

بيان معاني
القرآن الكريم
باللغة الكيروندية

الشيخ غيهيتي يوسف

موسوعة القرآن الكريم
QuranEnc.com

978-603-8412-19-0

Rn25



INSIGURO YA QOR'ANI NTAGATIFU

MU RURIMI RW'IKIRUNDI

Sheikh Gihete Yusufu

موسوعة القرآن الكريم
QuranEnc.com

ⓒ جمعية خدمة المحتوى الإسلامي باللغات، ١٤٤٥هـ
فهرسة مكتبة الملك فهد الوطنية أثناء النشر

غيهيتي يوسف،
بيان معاني القرآن - كيروندية./ غيهيتي يوسف - ط١.
الرياض، ١٤٤٥هـ
١٢٢٣ ص ؛ ١٤ x ٢١ سم
ردمك : ٠-١٩-٨٤١٢-٦٠٣-٩٧٨

١٤٤٥/٤٦١٧

الطبعة الأولى ١٤٤٦ هـ Isohorwa rya mbere 2024
للتحقق من التحديثات Kuraba ko hari ihinyanyurwa rishasha

23-11-2024 (V1.0.4)
للتواصل: info@quranenc.com

نحو توفير تفاسير وتراجم موثوقة لمعاني القرآن بلغات العالم

جمعية الربوة

المحتوى الإسلامي

مقدمة تعريف بالقرآن الكريم

القرآن الكريم هو كلام الله رب العالمين وخالقهم، أنزله على خاتم الأنبياء والمرسلين محمد ﷺ ليبين للبشرية الغاية من خلقهم، ولهدايتهم إلى ما فيه سعادتهم في الدنيا والآخرة، وتخليصهم من الشقاء الأبدي بعد الموت، وهو آخر الكتب الإلهية نزولاً، مصدقا لها، وناسخا لشرائعها.

والقرآن الكريم آية ومعجزة أبدية، وهو دليل على نبوة رسول الله محمد ﷺ، تحدى الله الإنس والجن على أن يأتوا بمثله بل ولو بسورة منه، فعجزوا عن ذلك.

لم تصل إليه يد التحريف والتبديل منذ نزوله قبل أكثر من ١٤٠٠ سنة، وسيبقى محفوظاً باللغة العربية التي نزل بها، حيث تكفل الله سبحانه وتعالى بحفظه الى آخر الزمان.

والقرآن الكريم هو المصدر الرئيس للإسلام، والدستور الذي ينظم حياة البشر ويحكمها في كل زمان ومكان، يدعو إلى عبادة الإله الخالق وحده، ويبين ما يحتاجه الإنسان لمعرفة ربه ودينه، وبداية خلق الكون، وأطوار خلق الإنسان، ويخبر عن غيوب ماضية ومستقبلة، وعن قصص أنبياء سابقين عليهم السلام، وكيف نصرهم الله وأهلك أعداءهم، وفيه أصول العبادات والمعاملات والدعوة إلى الأخلاق المحمودة، والتحذير من الأخلاق المذمومة، والمصير في الآخرة؛ إما الجنة دار المؤمنين وإما النار دار الظالمين والكافرين.

ولأهمية هذا الكتاب العظيم الذي أنزله الله باللغة العربية، وأمر بإبلاغه للبشرية؛ يطيب لنا – أيها القارئ الكريم– أن نقدم لك ترجمة لمعانيه بلغتك، تسهيلاً لفهمه وتحقيقاً لتبليغه، وقد بذل فريق العمل جهده في فهم معانيه وترجمتها، مع العلم اليقيني أنه مهما بلغت دقة الترجمة فستظل قاصرة عن أداء المعاني العظيمة التي يدل عليها نص القرآن الكريم المعجز الذي يفوق أي عمل بشري، ومن أراد أن يقف على مزيد من الحقائق التي جاء بها القرآن الكريم؛ فنوصيه بتعلم اللغة العربية التي نزل بها.

يسعدنا أن نستقبل مقترحاتكم وملاحظاتكم لتطوير الترجمة من خلال نافذة الملاحظات الموجودة أمام كل آية في موقع موسوعة القرآن الكريم

(www.quranenc.com)

وعند الرغبة في التواصل معنا يمكن مراسلتنا عبر البريد الإلكتروني:

info@quranenc.com

وسلام على المرسلين، والحمد لله رب العالمين.

QOR'ANI NTAGATIFU, NI IGIKI

Qor'ani ntagatifu, ni amajambo y'Imana Allah, Umubungabunzi Rurema w'ibiremwa vyose, Yayimanuriye uwahetuye Abavugishwamana n'Intumwa, Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Iyo Qor'ani yamanuwe kugira imenyeshe ibiremwa ihangiro ry'iremwa ryavyo, ibirongore ku bikorwa birimwo imvo z'uguhimbarwa kwavyo mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, iheze ibirokore mu magorwa yamaho mu nyuma yo gupfa. Qor'ani ntagatifu rero, ni co Gitabu camanuwe mu nyuma mu Bitabu vyamanuwe n'Imana Allah, kugira ishimangire ukuri kuri muri vyo, yongere isubirize amabwirizwa yavyo mu gushinga ayandi.

Qor'ani ntagatifu, ni icemezo n'igitangaro bizokwamaho, vyemeza ubutumwa bw'Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Imana Allah Yahigishije abantu n'Amajini ko vyozana amajambo ameze nkayo, n'aho coba ari igisomwa kimwe gusa, biraheza birananirwa.

Iminwe y'ababahindagura amajambo, ntirashika aho yohindura na kimwe muri yo kuva aho imanuriwe. Haraheze rero ikiringo kirenga ibinjana 14 imanuwe, kira noneho izoguma ibungwabunzwe icungerewe n'ururimi rw'icarabu yamanuwemwo, aho Imana Allah ari Yo Yonyene Yishinze kuyicungera ngo ntivogerwe n'abayihindagura gushika ku musi w'iherezo.

Qor'ani ntagatifu, ni ryo tegeko rya mbere ry'ubwislamu, ikaba n'ibwirizwa ngenderwako ryisungwa mu gutunganya ubuzima bwa kiremwa-muntu mu bihe vyose n'aho ari ho hose; irarikira abantu ukwiyeregereza Imana Allah mu kuyisenga Itabangikanijwe na kimwe, kuko ari Yo Yonyene Rurema; igatomorera kiremwa-muntu ico cose akeneye kumenya ku vyerekeye Imana Rurema Allah, hamwe n'idini ry'ukuri ico kiremwa gitegerezwa gukurikira, kinamenye n'intango y'iremwa ry'isi n'ijuru n'ibiri muri vyo, hatibagiwe iremwa ry'umuntu. Iranavuga ku vyerekeye ibinyegejwe ibiremwa, muri kahise no muri kazoza, ku vyererekeye kahise n'amateka y'Abavugishwamana (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah), ukuntu Imana Allah Yabateye ingoga bakanesha abansi babo bagahona. Muri Qor'ani harimwo kandi amategeko ngenderwako ku bijanye no gutunganya amasengesho n'umubano mwiza mu bantu, mu bijanye n'amasezerano abantu bagiriranira hagati yabo mu gutunganya ivyerekeye ubuzima bwa misiyose. Bitayeko, harimwo n'amategeko ngenderwako ku bijanye no gutsimbataza inyifato

n'ingeso nziza hamwe no kwihanikiriza inyifato n'ingeso mbi mu bantu. Qor'ani kandi iratomora neza na neza ko mu buzima bw'inyuma yo gupfa, iherezo.

ry'ibiremwa rizoba ari mu Bwami bw'ijuru bwagenewe abemeramana, canke rikaba ari mu muriro udahera wagenewe abagenzwa n'akarenganyo kw'isi be n'abagarariji.

Mu kwerekana rero akamaro gahambaye k'iki Gitabu Imana Allah Yamanuye mu rurimi rw'icarabu, Igategeka ko gishikirizwa ibiremwa vyose, turahimbawe no kugushikiriza ewe musomyi w'ikirundi, insiguro ya Qor'ani ntagatifu mu rurimi rwawe, kugira woroherwe n'ukugitahura, maze ushobore na we kugishikiriza abandi. Ni ukuri, umugwi wagiteguye, waritaye ku rutare kugira utahure insobanuro ya Qor'ani, uheze uyisigure mu kirundi, n'aho bizwi ko urugero rwose umuntu yogezako mu gusigura neza, rudashobora guhetura insiguro zimbitse ziri muri Qor'ani yamanuwe ari igitangaza mu kuntu yubatse, mu buryo burengeye kure n'iyo ubushobozi bwa kiremwa-muntu. Uwoshaka rero kumenya ibirenzeko mu nsiguro zimbitse gusumba ziri muri Qor'ani ntagatifu, twomuhanura ko yokwiga nantaryo icarabu yamanuwemwo, co soko ry'ubumenyi bwayo.

Uwipfuza gusoma iyi nsiguro ya Qor'ani, arashobora guca ku buryo bwa (QR) kugira ashobore kuyisoma mu rurimi rwiwe rw'ikirundi.

Turahimbawe rero n'ukwakira intererano y'ivyiyumviro vyanyu mu ntumbero yo kuryohora insiguro ya Qor'ani, mubicishije ahagenewe intererano y'ivyiyumviro, imbere ya Aayah, ku rubuga ngurukanabumenyi rwagenewe Qor'ani ntagatifu

(www.quranenc.com)

Mu gihe hoboneka uwushaka kugira ico adushikirije rero, arashobora guca kuri e-mail yacu:

info@quranenc.com

Harakagira amahoro Intumwa z'Imana, ishimagizwa ni iry'Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose.

Kwikinga ku Mana Allah

A’UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM

Ndikinze ku Mana Allah, Inkingire inyoshambi za shetani yavumwe. Imana Allah Yategetse uwusoma Qor’ani ko yikinga kuri Yo, aho Ivuga Iti: “Mwemeramana! Niwashaka gusoma Qor’ani, urabanza wikinge ku Mana Allah, Igukingire inyoshambi za shetani yavumwe, maze uvuge uti: “A’UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM”. Ivyo biri ukwo kuko Qor’ani ari uburongozi ku bantu, ikaba irimwo n’agakiza k’indwara zisinzikaza imishaha; shetani na yo ikaba ari yo nkomoko y’inyoshambi n’ihubishwa ry’ibiremwa, ni no kuri iyo mvo rero Imana Allah Itegeka uwusoma Qor’ani, ko yobanza kuyisaba ko Imukingira inyoshambi za shetani yavumwe be n’ingabo zayo. Abamenyi bose barahurije ku kuba “A’UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM” atari Aayah muri Qor’ani, ari na co gituma itandikwa muri Qor’ani.

A’UUDHU BILLAAHI: Ndikinze ku Mana Allah Inkingire.

MINA SSHAYTWAANI: Inyoshambi za shetani ikomoka mu Majini canke muri Bene Adamu, irazwa ishinga no kubona ko ntumvira Imana Allah no gusoma Igitabu cayo. RRAJIIM: Yavumwe.

1. Al-Faatiha (Intango)
Aayah 7, Makka

1. Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ١
2. Nihashimagizwe Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;	ٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٢
3. Nyenimpuhwe ku biremwa vyose, Nyenimbabazi ku batoni bayo;	ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ٣
4. Umwami Aganza umusi w'impera;	مَٰلِكِ يَوۡمِ ٱلدِّينِ ٤
5. Ni Wewe gusa twiyegereza mu vyo dukora vyose tukanagusenga, kandi ni Wewe gusa dutakambira mu gusaba imfashanyo.	إِيَّاكَ نَعۡبُدُ وَإِيَّاكَ نَسۡتَعِينُ ٥
6. Turongore mu nzira igororotse;	ٱهۡدِنَا ٱلصِّرَٰطَ ٱلۡمُسۡتَقِيمَ ٦
7. Inzira y'abo Wahezagiye Ukabaha inema, itari iy'abo Washavuriye (abayahudi) canke iy'ababuvye (abanaswara).	صِرَٰطَ ٱلَّذِينَ أَنۡعَمۡتَ عَلَيۡهِمۡ غَيۡرِ ٱلۡمَغۡضُوبِ عَلَيۡهِمۡ وَلَا ٱلضَّآلِّينَ ٧

2. Al-Baqara (Inka)
Aayah 286, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Alif Laam Miim. Ni zimwe mu ndome z'ururimi rw'icarabu, Imana Allah Yatanguje bimwe mu bisomwa vya Qor'ani, kugira Ihige n'Abarabu basanzwe bakoresha izo ndome, ko boshobora kuzana Aayah n'imwe isa mu mvugo na Qor'ani, birabananira. Ico gica kiba igitangaro cemeza ko Qor'ani ari Igitabu c'Imana Allah.

الٓمٓ ١

2. Ico Gitabu ca Qor'ani nta makenga kirimwo kuko camanuwe n'Imana Allah. Ni uburongozi ku bagamburukiramana.

ذَٰلِكَ ٱلْكِتَٰبُ لَا رَيْبَ ۛ فِيهِ ۛ هُدًى لِّلْمُتَّقِينَ ٢

3. Abemera[1] ibinyegejwe ibiremwa[2], bagatsimbataza amasengesho akwije ibisabwa ku mwanya wayo nk'uko bitegetswe, bagatanga ishikanwa-bwirizwa (Zakat) n'izindi mperezwa (Sadaka) mu vyo Imana Allah Yabahaye.

ٱلَّذِينَ يُؤْمِنُونَ بِٱلْغَيْبِ وَيُقِيمُونَ ٱلصَّلَوٰةَ وَمِمَّا رَزَقْنَٰهُمْ يُنفِقُونَ ٣

4. N'abemera ivyo wahishuriwe muri Qor'ani ewe Ntumwa y'Imana, bakanemera n'ivyahishuriwe izindi Ntumwa zo hambere yawe, bakemera ata gukekeranya ibizoba mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَٱلَّذِينَ يُؤْمِنُونَ بِمَآ أُنزِلَ إِلَيْكَ وَمَآ أُنزِلَ مِن قَبْلِكَ وَبِٱلْءَاخِرَةِ هُمْ يُوقِنُونَ ٤

5. Abo barangwa n'ivyo, ni bo bari mu nzira y'uburongozi bw'Imana yabo Rurema Allah. Abo ni na bo rero baronse intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

أُو۟لَٰٓئِكَ عَلَىٰ هُدًى مِّن رَّبِّهِمْ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ٥

6. Mu vy'ukuri, abahakanye bivuye inyuma ivyo wahishuriwe, kubaburira no kutababurira vyose ni co kimwe. Ntibazokwigera bemera.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ سَوَآءٌ عَلَيْهِمْ ءَأَنذَرْتَهُمْ أَمْ لَمْ تُنذِرْهُمْ لَا يُؤْمِنُونَ ٦

7. Ku kubera ubugarariji bwabo, Imana Allah Yarateye ikimangu mu mitima yabo no mu matwi yabo. Ku maso yabo na ho hari ipaziya ntibabona ukuri. Baranategekanirijwe ibihano bihambaye.

خَتَمَ ٱللَّهُ عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ وَعَلَىٰ سَمْعِهِمْ ۖ وَعَلَىٰٓ أَبْصَٰرِهِمْ غِشَٰوَةٌ ۖ وَلَهُمْ عَذَابٌ عَظِيمٌ ٧

8. Burya mu bantu, harimwo abajuragirika mu kwemera bakavuga bati: "Twaremeye Imana Allah n'umusi w'imperuka". Ivyo bakabivuga mu majambo gusa, kandi batemera mu mitima yabo.

وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يَقُولُ ءَامَنَّا بِٱللَّهِ وَبِٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ وَمَا هُم بِمُؤْمِنِينَ ٨

---

[1] Ukwemera, ni ijambo ryo kwemanga wemera ata makenga ko hariho Imana Imwe Rudende Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo, Intumwa zayo, umusi w'imperuka, ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ry'avyo: ineza n'inabi. Ukwemera rero, gutegerezwa gushimangirwa mu mvugo n'ingiro, maze umutima ukemanga, ururimi rukavyatura, ibihimba na vyo bigashira mu ngiro ivyo umutima wemanze.

[2] Ibinyegejwe ibiremwa, ni birya vyose umuntu asabwa kwemera kandi adashoboye kubimenya kiretse mu gihe bihishuwe n'Imana Allah, biciye ku Ntumwa zayo; nko kwemera abamalayika, Ubwami bw'ijuru n'umuriro udahera, n'ibindi.

9. Bibwira ko bahenda Imana Allah n'abemeramana mu kwiyorobeka kwabo. Burya nta we bahenda kiretse ko ari bo nyene bihenda, ariko ntibavyumva.

يُخَٰدِعُونَ ٱللَّهَ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَمَا يَخۡدَعُونَ إِلَّآ أَنفُسَهُمۡ وَمَا يَشۡعُرُونَ ٩

10. Mu mitima yabo harimwo indwara y'uburyarya n'ubuhakanyi, gutyo Imana Allah na Yo Ibongerereza iyindi ndwara y'ishari n'inzigo bafitiye abemeramana. Barategekanirijwe ibihano bibabaza, kubera ivyo bahora babesha.

فِي قُلُوبِهِم مَّرَضٞ فَزَادَهُمُ ٱللَّهُ مَرَضٗاۖ وَلَهُمۡ عَذَابٌ أَلِيمُۢ بِمَا كَانُواْ يَكۡذِبُونَ ١٠

11. Iyo babwiwe bati: "Ntimukwiragize ubwononyi kw'isi". Bishura bati: "Mu vy'ukuri, twebwe turi intungane turabogora".

وَإِذَا قِيلَ لَهُمۡ لَا تُفۡسِدُواْ فِي ٱلۡأَرۡضِ قَالُوٓاْ إِنَّمَا نَحۡنُ مُصۡلِحُونَ ١١

12. Bantu! Nimwumve mwumvireho! Bo ni bo bononyi vy'ukuri, mugabo nta vyo bumva.

أَلَآ إِنَّهُمۡ هُمُ ٱلۡمُفۡسِدُونَ وَلَٰكِن لَّا يَشۡعُرُونَ ١٢

13. Iyo naho babwiwe bati: "Nimwemere nk'uko abandi bantu bemeye". Bishura bati: "Twebwe twokwemera nk'uko abakehabwenge bemeye!" Bantu! Nimwumve mwumvireho! Bo ni bo bakehabwenge, ariko nta vyo bazi.

وَإِذَا قِيلَ لَهُمۡ ءَامِنُواْ كَمَآ ءَامَنَ ٱلنَّاسُ قَالُوٓاْ أَنُؤۡمِنُ كَمَآ ءَامَنَ ٱلسُّفَهَآءُۗ أَلَآ إِنَّهُمۡ هُمُ ٱلسُّفَهَآءُ وَلَٰكِن لَّا يَعۡلَمُونَ ١٣

14. Iyo bahuye n'abemeramana bavuga bati: "Twebwe twaremeye nkamwe". Mugabo iyo bihereranye amashetani yabo (mu bahakanyi ruhebwa), bavuga bati: "Twebwe turatsimbataye mu buhakanyi hamwe na mwe. Mu vy'ukuri, twebwe turatebura gusa mu kubereka ko twemera".

وَإِذَا لَقُواْ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ قَالُوٓاْ ءَامَنَّا وَإِذَا خَلَوۡاْ إِلَىٰ شَيَٰطِينِهِمۡ قَالُوٓاْ إِنَّا مَعَكُمۡ إِنَّمَا نَحۡنُ مُسۡتَهۡزِءُونَ ١٤

15. Imana Allah Izobahembera ugutebura kwabo, Yongere Ibongerereze ubuhuvyi ku buhuvyi bwabo basanganwe, bajuragirike mu kubura ico bafata nico bareka hagati yo kwemera no guhakana.

ٱللَّهُ يَسۡتَهۡزِئُ بِهِمۡ وَيَمُدُّهُمۡ فِي طُغۡيَٰنِهِمۡ يَعۡمَهُونَ ١٥

16. Abo ni bo rero biguze ubuhuvyi ha kurongoka, maze birengagiza kwemera. Nta co bungutse mu rudandazwa rwabo rwo guhurumbira ivy'isi, ntibari no kuba abagororotsi namba muri ubwo buryo.

أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ ٱشۡتَرَوُاْ ٱلضَّلَٰلَةَ بِٱلۡهُدَىٰ فَمَا رَبِحَت تِّجَٰرَتُهُمۡ وَمَا كَانُواْ مُهۡتَدِينَ ١٦

17. Akarorero k'abo bantu b'indyarya, ni nk'umuntu yacanye umuriro ngo umumurikire we n'abagenzi bari kumwe, mu gihe umaze kumubonesherezа ibimukikije, Imana Allah Ica Irawuzimya, Ibasiga mu muzimagiza w'amakenga n'uburyarya batabona inzira y'ukuri.

مَثَلُهُمۡ كَمَثَلِ ٱلَّذِي ٱسۡتَوۡقَدَ نَارٗا فَلَمَّآ أَضَآءَتۡ مَا حَوۡلَهُۥ ذَهَبَ ٱللَّهُ بِنُورِهِمۡ وَتَرَكَهُمۡ فِي ظُلُمَٰتٖ لَّا يُبۡصِرُونَ ١٧

18. Ni ibipfamatwi, barabwirwa ntibumva ukuri, ni ba nyamuragi ntibavuga ukuri, ni ibipfamaso barerekwa ntibabona inzira y'ukuri, eka mbere bobo ntibokwigarura ngo bave mu muzimagiza barimwo.

صُمُۢ بُكۡمٌ عُمۡيٞ فَهُمۡ لَا يَرۡجِعُونَ ١٨

19. Canke akarorero kabo, ni nk'ak'abantu bari mu mwijima mu mvura nyinshi irimwo imituragaro n'imiravyo,

أَوۡ كَصَيِّبٖ مِّنَ ٱلسَّمَآءِ فِيهِ ظُلُمَٰتٞ وَرَعۡدٞ وَبَرۡقٞ يَجۡعَلُونَ أَصَٰبِعَهُمۡ فِيٓ ءَاذَانِهِم

maze bakazibira amatwi yabo n'intoke zabo kugira ngo bikingire inkuba batinya gupfa. Imana Allah na Yo Ikikuje abahakanyi ku buryo ata saganirizo n'ubuhungiro bagira.

مِّنَ ٱلصَّوَٰعِقِ حَذَرَ ٱلْمَوْتِ ۚ وَٱللَّهُ مُحِيطٌۢ بِٱلْكَٰفِرِينَ ﴿١٩﴾

20. Imiravyo ihakwa kubamena amaso. Mu gihe cose nya miravyo ibamurikiye bayigendamwo, iyo naho itabamurikiye ngo babone, baca bahagarara. Iyo Imana Allah Ishaka Yari kubamena amatwi n'amaso. Mu vy'ukuri rero, Imana Allah ni Mushoboravyose.

يَكَادُ ٱلْبَرْقُ يَخْطَفُ أَبْصَٰرَهُمْ ۖ كُلَّمَآ أَضَآءَ لَهُم مَّشَوْا۟ فِيهِ وَإِذَآ أَظْلَمَ عَلَيْهِمْ قَامُوا۟ ۚ وَلَوْ شَآءَ ٱللَّهُ لَذَهَبَ بِسَمْعِهِمْ وَأَبْصَٰرِهِمْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٢٠﴾

21. Emwe Bantu! Nimwiyegereze Imana yanyu Rurema Allah mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende, Yo Yabaremye Irema n'abo hambere yanyu kugira ngo muyigamburukire mu kwubahiriza amabwirizwa yayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ ٱعْبُدُوا۟ رَبَّكُمُ ٱلَّذِى خَلَقَكُمْ وَٱلَّذِينَ مِن قَبْلِكُمْ لَعَلَّكُمْ تَتَّقُونَ ﴿٢١﴾

22. Ni Yo Yabagiriye isi nk'isaso kugira ngo mushobore kuyibako; Ibubakira n'ijuru nk'igisenge, Imanura n'amazi y'imvura avuye mu bicu azananye mu kirere, Iraheza Imeza hakoreshejwe nya mazi ivyamwa bitandukanye kugira ngo bibe imfungurwa zanyu. Kubera ivyo rero, ntimukabangikanye Imana Allah mu gusenga ibigirwamana, kandi na mwe nyene muzi neza ko ari Yo Rurema, Rutunga.

ٱلَّذِى جَعَلَ لَكُمُ ٱلْأَرْضَ فِرَٰشًا وَٱلسَّمَآءَ بِنَآءً وَأَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَأَخْرَجَ بِهِۦ مِنَ ٱلثَّمَرَٰتِ رِزْقًا لَّكُمْ ۖ فَلَا تَجْعَلُوا۟ لِلَّهِ أَندَادًا وَأَنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿٢٢﴾

23. Nimwaba mufise amakenga yuko Twamanuriye Qor'ani Intumwa yacu (Muhamadi nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), murazana rero igisomwa kimwe gusa gisa canke gisusa na Qor'ani, kandi murarike n'abantu bababere ivyabona hatarimwo Imana Allah, nimwaba muri imvugakuri mw'ihakana ryanyu rya Qor'ani.

وَإِن كُنتُمْ فِى رَيْبٍ مِّمَّا نَزَّلْنَا عَلَىٰ عَبْدِنَا فَأْتُوا۟ بِسُورَةٍ مِّن مِّثْلِهِۦ وَٱدْعُوا۟ شُهَدَآءَكُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٢٣﴾

24. Nimutabigira, kandi nta n'ivyo muzoshobora, muraheza rero mwiyubare ibihano vy'umuriro udahera wa Jahannamu, muheze mwemere Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) maze mugamburukire Imana Allah. Ivyegenyezo vya nya muriro ni abantu n'amabuye. Wateguriwe abagarariji.

فَإِن لَّمْ تَفْعَلُوا۟ وَلَن تَفْعَلُوا۟ فَٱتَّقُوا۟ ٱلنَّارَ ٱلَّتِى وَقُودُهَا ٱلنَّاسُ وَٱلْحِجَارَةُ ۖ أُعِدَّتْ لِلْكَٰفِرِينَ ﴿٢٤﴾

25. Ntumwa y'Imana! Shikiriza abemeye bakanakora ivyiza bitegetswe, inkuru ihumuriza ko bazohabwa imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi. Igihe cose bafunguriwe mu vyamwa vyayo bavuga bati: "Izi mfungurwa ni nk'izo twafungurirwa hambere kw'isi!". Bazihawe zisa n'izo kw'isi ariko zidasusa. Bamaze kuzifungura, bazosanga zisangije akanovera. Bazoba rero bahafise n'abakenyezi basukuye batagira akanenge. Bazobamwo ibihe bidahera.

وَبَشِّرِ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ أَنَّ لَهُمْ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ ۖ كُلَّمَا رُزِقُوا۟ مِنْهَا مِن ثَمَرَةٍ رِّزْقًا قَالُوا۟ هَٰذَا ٱلَّذِى رُزِقْنَا مِن قَبْلُ ۖ وَأُتُوا۟ بِهِۦ مُتَشَٰبِهًا ۖ وَلَهُمْ فِيهَآ أَزْوَٰجٌ مُّطَهَّرَةٌ ۖ وَهُمْ فِيهَا خَٰلِدُونَ ﴿٢٥﴾

26. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntiterwa n'isoni mu gushikiriza ukuri, mu gutanga akarorero k'akantu kanzunya cane kurusha umubu canke kawusumba, mu kwerekana ko ibigirwamana ata co bishoboye. Abemeramana bo baramenya ko ari akarorero k'ukuri kavuye ku Mana yabo Rurema Allah, nayo abagarariji bavuga n'agasuzuguro n'akantu bati: "None Imana Allah Yashatse kuvuga iki mu gutanga aka karorero k'udukoko tugayitse!". Burya Imana Allah, mu gutanga ako karorero, Ihubisha benshi kw'itebura ryabo, Ikarongora benshi ku gutahura kwabo intumbero yayo. Burya rero Imana Allah ntihubisha kiretse ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo;

۞إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَسۡتَحۡيِۦٓ أَن يَضۡرِبَ مَثَلٗا مَّا بَعُوضَةٗ فَمَا فَوۡقَهَاۚ فَأَمَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ فَيَعۡلَمُونَ أَنَّهُ ٱلۡحَقُّ مِن رَّبِّهِمۡۖ وَأَمَّا ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ فَيَقُولُونَ مَاذَآ أَرَادَ ٱللَّهُ بِهَٰذَا مَثَلٗاۘ يُضِلُّ بِهِۦ كَثِيرٗا وَيَهۡدِي بِهِۦ كَثِيرٗاۚ وَمَا يُضِلُّ بِهِۦٓ إِلَّا ٱلۡفَٰسِقِينَ ٢٦

27. Abatubahiriza isezerano ry'Imana Allah ryo kuyigamburukira no kuyisenga ari Imwe Rudende, inyuma y'aho Irishimangiye cane mu kurungika Intumwa (za nyakugira amahoro y'Imana Allah) no mu kumanura Ibitabu, bagaca ubucuti n'ubuvandimwe Imana Allah Yategetse ko bwungwa, bakanakwiragiza ubwononyi kw'isi. Abo rero, ni bo bahomvye ubuzima bwabo bwo kw'isi n'ubw'inyuma yo gupfa.

ٱلَّذِينَ يَنقُضُونَ عَهۡدَ ٱللَّهِ مِنۢ بَعۡدِ مِيثَٰقِهِۦ وَيَقۡطَعُونَ مَآ أَمَرَ ٱللَّهُ بِهِۦٓ أَن يُوصَلَ وَيُفۡسِدُونَ فِي ٱلۡأَرۡضِۚ أُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡخَٰسِرُونَ ٢٧

28. Babangikanyamana! Ni gute mugarariza mugahakana isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah! Mu gihe mwari nk'abapfu mutararemwa, maze Imana Allah Irabarema, Ibaha ubuzima, inyuma y'aho Ibaka nya buzima urwanyu rugeze, murapfa. Hanyuma rero Ikazobasubiza kandi ubuzima mukazuka. Hanyuma ni kuri Yo muzosubizwa kugira muharurirwe muheze muhemberwe ivyo mwakoze.

كَيۡفَ تَكۡفُرُونَ بِٱللَّهِ وَكُنتُمۡ أَمۡوَٰتٗا فَأَحۡيَٰكُمۡۖ ثُمَّ يُمِيتُكُمۡ ثُمَّ يُحۡيِيكُمۡ ثُمَّ إِلَيۡهِ تُرۡجَعُونَ ٢٨

29. Imana Allah, ni Yo Yabaremeye ibiri mw'isi vyose ku neza yanyu. Hanyuma Irengera ku majuru Iraheza Irayarema ari indwi ata n'akanenge wobona mw'iremwa ryayo. Ni na Yo rero Nyenubumenyikurivyose.

هُوَ ٱلَّذِي خَلَقَ لَكُم مَّا فِي ٱلۡأَرۡضِ جَمِيعٗا ثُمَّ ٱسۡتَوَىٰٓ إِلَى ٱلسَّمَآءِ فَسَوَّىٰهُنَّ سَبۡعَ سَمَٰوَٰتٖۚ وَهُوَ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٞ ٢٩

30. Ntumwa y'Imana! Ibuka igihe Imana yawe Rurema Allah Yabwira abamalayika Iti: "Mu vy'ukuri, Jewe Allah Ngira Nshire kw'isi ikiremwa kizokurakuranwa mu kuyibungabunga". Na bo n'impungenge nyinshi bati: "Ugira Ushire kw'isi uwuzoyikorerako ubwononyi, akanasesa amaraso, mu gihe twebwe tukuninahaza mu kugushimagiza, tukagutagatifuza mu cubahiro cawe!". Imana Allah Ibishura Iti: "Ni ukuri, Ndazi ivyo mutazi".

وَإِذۡ قَالَ رَبُّكَ لِلۡمَلَٰٓئِكَةِ إِنِّي جَاعِلٞ فِي ٱلۡأَرۡضِ خَلِيفَةٗۖ قَالُوٓاْ أَتَجۡعَلُ فِيهَا مَن يُفۡسِدُ فِيهَا وَيَسۡفِكُ ٱلدِّمَآءَ وَنَحۡنُ نُسَبِّحُ بِحَمۡدِكَ وَنُقَدِّسُ لَكَۖ قَالَ إِنِّيٓ أَعۡلَمُ مَا لَا تَعۡلَمُونَ ٣٠

31. Imana Allah Imaze kurema Adamu, Ikamwigisha amazina y'ibiremwa vyose, Yaciye Ivyereka abamalayika, Ica Ibabwira Iti: "Enda nyabuna nimumbwire amazina y'ibi biremwa nimwaba muri imvugakuri ko Adamu ata co azomarira isi!".

وَعَلَّمَ ءَادَمَ ٱلۡأَسۡمَآءَ كُلَّهَا ثُمَّ عَرَضَهُمۡ عَلَى ٱلۡمَلَٰٓئِكَةِ فَقَالَ أَنۢبِـُٔونِي بِأَسۡمَآءِ هَٰٓؤُلَآءِ إِن كُنتُمۡ صَٰدِقِينَ ٣١

32. Abamalayika barishura bati: “Ininahazwa ni iryawe Mana! Nta bumenyi dufise burenze ubwo Waduhaye. Mu vy’ukuri, Wewe ni We Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ukora”.

قَالُواْ سُبۡحَٰنَكَ لَا عِلۡمَ لَنَآ إِلَّا مَا عَلَّمۡتَنَآۖ إِنَّكَ أَنتَ ٱلۡعَلِيمُ ٱلۡحَكِيمُ ٣٢

33. Imana Allah Iraheza Ibwira Adamu Iti: “Babwire amazina y’ivyo biremwa batashoboye kumenya amazina yavyo”. Adamu amaze kubabwira amazina yavyo, Imana Allah Yaciye Ivuga Iti: “Sinababwiye ko Jewe Nzi neza ivyo mutazi binyegejwe mu majuru no mw’isi, Nkaba Nzi kandi neza n’ivyo muserura n’ivyo mwama muhisha!”.

قَالَ يَٰٓـَٔادَمُ أَنۢبِئۡهُم بِأَسۡمَآئِهِمۡۖ فَلَمَّآ أَنۢبَأَهُم بِأَسۡمَآئِهِمۡ قَالَ أَلَمۡ أَقُل لَّكُمۡ إِنِّيٓ أَعۡلَمُ غَيۡبَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَأَعۡلَمُ مَا تُبۡدُونَ وَمَا كُنتُمۡ تَكۡتُمُونَ ٣٣

34. Ntumwa y’Imana! Ibuka maze wiganire abantu igihe Twebwe Allah Twatera iteka Adamu maze Tukabwiriza abamalayika hamwe na “Ibilisi[1]” Duti: “Nimwubamire Adamu mumuhe icubahiro kimukwiye”, baraheza bagamburukira rimwe barubama bose kiretse Ibilisi yanse kumwubamira, bitewe n’amanyama n’ishari n’akantu, gutyo aca acika umugarariji mu bandi.

وَإِذۡ قُلۡنَا لِلۡمَلَٰٓئِكَةِ ٱسۡجُدُواْ لِأٓدَمَ فَسَجَدُوٓاْ إِلَّآ إِبۡلِيسَ أَبَىٰ وَٱسۡتَكۡبَرَ وَكَانَ مِنَ ٱلۡكَٰفِرِينَ ٣٤

35. Turaheza Tubwira Adamu Duti: “Ewe Adamu! Ba mu Bwami bw’ijuru, wewe n’umutambukanyi wawe “Hawa”, nimufungure rero n’akayabagu kenshi ivyo mushaka, mworohewe aho ari ho hose muri ubu Bwami. Mugabo rero, ntimuzohirahire kwegera iki giti ngo mufungure ivyamwa vyaco, mwohava muba mu birenganije ku kurenga ku mabwirizwa yanje”.

وَقُلۡنَا يَٰٓـَٔادَمُ ٱسۡكُنۡ أَنتَ وَزَوۡجُكَ ٱلۡجَنَّةَ وَكُلَا مِنۡهَا رَغَدًا حَيۡثُ شِئۡتُمَا وَلَا تَقۡرَبَا هَٰذِهِ ٱلشَّجَرَةَ فَتَكُونَا مِنَ ٱلظَّٰلِمِينَ ٣٥

36. Ni ho rero shetani yabata mu caha, bafungura kuri ca giti, gutyo iba imvo n’imvano yo kuva mu Bwami bw’ijuru no mu ngabirano barimwo. Duca Dutegeka Adamu n’umukenyezi wiwe hamwe na Ibilisi Duti: “Nimumanuke kw’isi, aho muzoba abansi hagati yanyu (mu ruvyaro rwa Adamu na Ibilisi). Kw’isi rero, ni ho mufise uburaro n’uburamuko no kuryoherwa gato kugeza ku musi wa rwo”.

فَأَزَلَّهُمَا ٱلشَّيۡطَٰنُ عَنۡهَا فَأَخۡرَجَهُمَا مِمَّا كَانَا فِيهِۖ وَقُلۡنَا ٱهۡبِطُواْ بَعۡضُكُمۡ لِبَعۡضٍ عَدُوّٞۖ وَلَكُمۡ فِي ٱلۡأَرۡضِ مُسۡتَقَرّٞ وَمَتَٰعٌ إِلَىٰ حِينٖ ٣٦

37. Aho ni ho rero Adamu yaheza akerekwa n’Imana yiwe Rurema Allah amajambo yokoresha mu kwigaya[2], maze araheza arigaya hamwe na Hawa. Gutyo Imana Allah Iramwumvira, Iramubabarira. Mu vy’ukuri, ni Yo Nyenukwumvirabigaya, Yumvira abayitakambira mu biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

فَتَلَقَّىٰٓ ءَادَمُ مِن رَّبِّهِۦ كَلِمَٰتٖ فَتَابَ عَلَيۡهِۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلتَّوَّابُ ٱلرَّحِيمُ ٣٧

---

[1] Ibilisi, ni izina ry’ikiremwa ca mbere mu majini, ni na co cahavuye kiba inkomoko y’amajini. Mu majini rero harimwo abemeramana hakabamwo n’abagarariji (amashetani).

[2] Ayo majambo ari mu Aayah ya 23, mu gisomwa Al-A’raaf, aho Adamu na Hawa batakamba bati: “Mana yacu Rurema Allah! Twirenganije mu gufungura kuri kirya giti. Nutatugumiriza akabanga Ukatubabarira iki caha twakoze, Ukanatugirira impuhwe, nta nkeka ko tuzoba mu bantu bahomvye ubuzima bwabo”.

38. Twabategetse Duti: “Nimumanuke mwese muve mu Bwami bw’ijuru. Nimwashikirwa n’uburongozi bwanje, abazokwemera bagakurikiza uburongozi bwanje, abo nta bwoba kuri bo bwo guhanwa, eka mbere bobo ntibazokwicwa n’intuntu y’ivyo basize kw’isi”.

قُلْنَا ٱهْبِطُوا۟ مِنْهَا جَمِيعًا ۖ فَإِمَّا يَأْتِيَنَّكُم مِّنِّى هُدًى فَمَن تَبِعَ هُدَاىَ فَلَا خَوْفٌ عَلَيْهِمْ وَلَا هُمْ يَحْزَنُونَ ﴿٣٨﴾

39. Nayo abazogarariza Imana Allah bagahakana bivuye inyuma Aayah n’ivyemezo vyacu vyerekana ko hakwiye gusengwa Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa, abo ni bo bantu bo mu muriro. Bazowubamwo ibihe bidahera.

وَٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَكَذَّبُوا۟ بِـَٔايَـٰتِنَآ أُو۟لَـٰٓئِكَ أَصْحَـٰبُ ٱلنَّارِ ۖ هُمْ فِيهَا خَـٰلِدُونَ ﴿٣٩﴾

40. Emwe Bene Israyeli[1]! Enda nimwibuke inema zanje Nabahaye, mwongere mwubahirize isezerano ryanje ryo kwemera Ibitabu n’Intumwa zanje ata kuvangura, maze mwubahirize amabwirizwa yanje, nanje Nzoheza Nubahirize isezerano ryanyu ryo kubagirira impuhwe kw’isi no kubaha impera y’ivyo mwakoze mu buzima bw’inyuma yo gupfa. Kandi ni Jewe rero gusa mutegerezwa gutinya mu kwiyubara ko mwohabwa ibihano vyanje hamwe mwongarariza,

يَـٰبَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ٱذْكُرُوا۟ نِعْمَتِىَ ٱلَّتِىٓ أَنْعَمْتُ عَلَيْكُمْ وَأَوْفُوا۟ بِعَهْدِىٓ أُوفِ بِعَهْدِكُمْ وَإِيَّـٰىَ فَٱرْهَبُونِ ﴿٤٠﴾

41. Maze mwemere n’iyi Qor’ani Namanuriye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), ishimangira ukuri mu vyo mwahawe muri Tawurati. Ntimukabe rero aba mbere bayihakana, kandi ntimukagurishe Aayah zanje ku giciro gito cane mu kuyirengagiza canke ngo muzihindure. Kandi ni Jewe rero gusa mutegerezwa kugamburukira mu kwubahiriza amabwirizwa yanje;

وَءَامِنُوا۟ بِمَآ أَنزَلْتُ مُصَدِّقًا لِّمَا مَعَكُمْ وَلَا تَكُونُوٓا۟ أَوَّلَ كَافِرٍۭ بِهِۦ ۖ وَلَا تَشْتَرُوا۟ بِـَٔايَـٰتِى ثَمَنًا قَلِيلًا وَإِيَّـٰىَ فَٱتَّقُونِ ﴿٤١﴾

42. Kandi ntimukavange ukuri n’ikinyoma murementanya, ntimukanyegeze ukuri muzi mu biranga Intumwa y’Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), kandi muzi neza ko ibiyiranga vyanditswe mu Bitabu musoma.

وَلَا تَلْبِسُوا۟ ٱلْحَقَّ بِٱلْبَـٰطِلِ وَتَكْتُمُوا۟ ٱلْحَقَّ وَأَنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿٤٢﴾

43. Nimube rero abislamu, maze mutsimbataze amasengesho-bwirizwa, mwongere mutange n’ishikanwa-bwirizwa, hanyuma mugamburukire Imana Allah, muyunamire hamwe n’abunama.

وَأَقِيمُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتُوا۟ ٱلزَّكَوٰةَ وَٱرْكَعُوا۟ مَعَ ٱلرَّٰكِعِينَ ﴿٤٣﴾

44. Mbega mutegeka abantu gukora ivyiza mukiyibagira kwibwiriza ngo mube abislamu, mu gihe mwebwe nyene musoma Igitabu ca Tawurati canditswemwo ibiranga Intumwa Muhamadi n’uko mutegerezwa kuyemera! Mbega none ntimugira ubwenge ngo mutahure ko muca kubiri n’ivyo muvuga!

۞ أَتَأْمُرُونَ ٱلنَّاسَ بِٱلْبِرِّ وَتَنسَوْنَ أَنفُسَكُمْ وَأَنتُمْ تَتْلُونَ ٱلْكِتَـٰبَ ۚ أَفَلَا تَعْقِلُونَ ﴿٤٤﴾

[1] Biswe Bene Israyeli kuko bamuka kuri Yakubu mwene Ibrahimu, akaba ari we atazirwa Israyeli.

45. Bemeramana! Mu gutunganya ivyanyu, nimwifashishe kwihangana mu gukora ivyo mwategetswe no mu kwirinda ivyo mwabujijwe, mwongere mwifashishe no gusenga isengesho rikwije ibisabwa ku mwanya waryo n'aho bigoye cane kiretse ku bantu bitonesha bakicisha bugufi ku Mana Allah;

وَٱسْتَعِينُواْ بِٱلصَّبْرِ وَٱلصَّلَوٰةِ ۚ وَإِنَّهَا لَكَبِيرَةٌ إِلَّا عَلَى ٱلْخَٰشِعِينَ ﴿٤٥﴾

46. Abizeye ko bazohura n'Imana yabo Rurema Allah igihe bazutse, bakizera mu vy'ukuri ko bazosubira kuri Yo kugira baharurirwe baheze bahemberwe ivyo bakoze.

ٱلَّذِينَ يَظُنُّونَ أَنَّهُم مُّلَٰقُواْ رَبِّهِمْ وَأَنَّهُمْ إِلَيْهِ رَٰجِعُونَ ﴿٤٦﴾

47. Emwe Bene Israyeli! Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwongere mwibuke ko mu gihe canyu Nabateye iteka gusumba abandi, mu kurungikwa muri mwebwe Abavugishwamana benshi no guhabwa Ibitabu vya Tawurati n'Injili;

يَٰبَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ٱذْكُرُواْ نِعْمَتِىَ ٱلَّتِىٓ أَنْعَمْتُ عَلَيْكُمْ وَأَنِّى فَضَّلْتُكُمْ عَلَى ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٤٧﴾

48. Maze mwikingire ibihano vyo ku musi w'izurwa ry'ibiremwa, aho umuntu ata co azomarira uwundi, ntazokwemererwa no kugira uwo avugira, eka mbere nta n'ico kwigomboza mu bihano azotanga ngo cemerwe, n'aho yotanga amatungo y'isi yose, eka mbere bobo ntibazoronka n'uwubatabara ngo abakure mu bihano.

وَٱتَّقُواْ يَوْمًا لَّا تَجْزِى نَفْسٌ عَن نَّفْسٍ شَيْـًٔا وَلَا يُقْبَلُ مِنْهَا شَفَٰعَةٌ وَلَا يُؤْخَذُ مِنْهَا عَدْلٌ وَلَا هُمْ يُنصَرُونَ ﴿٤٨﴾

49. Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwibuke n'igihe Tubakuyeko amagorwa y'abantu ba Firawuni yo gucurwa bufuni na buhoro, babaha ibihano bikomeye, bagakereragura abana banyu b'abahungu, bagasigaza abakobwa banyu ku gutinya ko mu bahungu hovamwo uwuzoza gukura ubutegetsi bwiwe. Muri ivyo vyose vyabashikiye rero, harimwo igeragezwa rikomeye rivuye ku Mana yanyu Rurema Allah.

وَإِذْ نَجَّيْنَٰكُم مِّنْ ءَالِ فِرْعَوْنَ يَسُومُونَكُمْ سُوٓءَ ٱلْعَذَابِ يُذَبِّحُونَ أَبْنَآءَكُمْ وَيَسْتَحْيُونَ نِسَآءَكُمْ ۚ وَفِى ذَٰلِكُم بَلَآءٌ مِّن رَّبِّكُمْ عَظِيمٌ ﴿٤٩﴾

50. Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwibuke kandi igihe Twabaciramwo kubiri ibahari ritukura hakaboneka inzira ihita, gutyo Tubakura mu bihano mwarimwo, Tunasomesha nturi Firawuni n'abantu biwe na mwe mwirabira n'amaso yanyu ukuntu basoma nturi.

وَإِذْ فَرَقْنَا بِكُمُ ٱلْبَحْرَ فَأَنجَيْنَٰكُمْ وَأَغْرَقْنَآ ءَالَ فِرْعَوْنَ وَأَنتُمْ تَنظُرُونَ ﴿٥٠﴾

51. Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwibuke n'igihe Twaha Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) isezerano ryo kuvugana nanje ukuri kwamye no kumanurirwa Tawurati, inyuma y'amajoro mirongo ine, muca mufata igishusho c'inyana y'inka mwibumbiye muragisenga igihe Intumwa y'Imana Musa yari kwakira ubutumwa bwa Tawurati ku musozi Sinayi. Mwari mwirenganije pe!

وَإِذْ وَٰعَدْنَا مُوسَىٰٓ أَرْبَعِينَ لَيْلَةً ثُمَّ ٱتَّخَذْتُمُ ٱلْعِجْلَ مِنۢ بَعْدِهِۦ وَأَنتُمْ ظَٰلِمُونَ ﴿٥١﴾

52. Mu nyuma yo gusenga nya gishusho c'inyana, Twarababababariye ivyaha vyanyu kugira ngo mushime ubutore n'ingabirano z'Imana Allah.

ثُمَّ عَفَوْنَا عَنكُم مِّنۢ بَعْدِ ذَٰلِكَ لَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ ﴿٥٢﴾

53. Nimwibuke igihe Twaha Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Igitabu ca Tawurati gitandukanya ukuri n'ikinyoma, ibirekuwe n'ibibujijwe, kugira ngo mube abagororotsi.

وَإِذْ ءَاتَيْنَا مُوسَى ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْفُرْقَانَ لَعَلَّكُمْ تَهْتَدُونَ ﴿٥٣﴾

54. Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwibuke n'igihe Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ibwira abantu bayo iti: "Bantu banje! Mu vy'ukuri, mwarirenganije mu gusenga igishusho c'inyana y'inka. Kubera ivyo rero, nimugaruke ku Mana Allah Umuremyi wanyu, maze mwigaye ibicumuro vyanyu mu kwicana hagati yanyu. Ivyo rero mu gihe mwobigira, ni ku neza yanyu imbere y'Imana Allah Umuremyi wanyu. Ico gihe mwaricanye hapfa ibihumbi mirongo indwi, gutyo Iyabaremye Irababababarira". Mu vy'ukuri rero, ni Yo Nyenukwumvirabigaya, Yumvira abayitakambira mu biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِذْ قَالَ مُوسَىٰ لِقَوْمِهِۦ يَٰقَوْمِ إِنَّكُمْ ظَلَمْتُمْ أَنفُسَكُم بِٱتِّخَاذِكُمُ ٱلْعِجْلَ فَتُوبُوٓاْ إِلَىٰ بَارِئِكُمْ فَٱقْتُلُوٓاْ أَنفُسَكُمْ ذَٰلِكُمْ خَيْرٌ لَّكُمْ عِندَ بَارِئِكُمْ فَتَابَ عَلَيْكُمْ ۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلتَّوَّابُ ٱلرَّحِيمُ ﴿٥٤﴾

55. Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwibuke igihe (abantu mirongo indwi muri mwebwe) mwabwira Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) muti: "Ntiturota twemera ko wewe uvugana n'Imana Allah tutabanje kwibonera nya Mana Allah utubwira amaso mu yandi", haca hamanuka umuriro uvuye hejuru mwiboneye n'amaso yanyu, urabahonya;

وَإِذْ قُلْتُمْ يَٰمُوسَىٰ لَن نُّؤْمِنَ لَكَ حَتَّىٰ نَرَى ٱللَّهَ جَهْرَةً فَأَخَذَتْكُمُ ٱلصَّٰعِقَةُ وَأَنتُمْ تَنظُرُونَ ﴿٥٥﴾

56. Hanyuma Tubasubiza ubuzima inyuma y'iryo honywa kugira ngo mushimire Iyabaremye ku nema Yabahaye.

ثُمَّ بَعَثْنَٰكُم مِّنۢ بَعْدِ مَوْتِكُمْ لَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ ﴿٥٦﴾

57. Nimwibuke n'igihe Tubarungikira igicu kibaha agatutu kugira ngo kibakingire izuba ryo mu bugaragwa igihe mwari mu gihano co kuzembagirika, Tubamanurira na "Manna[1]" na "Salwa[2]". Turaheza Tubabwira Duti: "Nimurye rero mu vyiza Twabafunguriye maze mwubahirize idini ryanyu", ariko rero nta ryo bubahirije. Si Twebwe Allah rero barenganije ku buhakanyi bwabo, mugabo ni bo nyene birenganije.

وَظَلَّلْنَا عَلَيْكُمُ ٱلْغَمَامَ وَأَنزَلْنَا عَلَيْكُمُ ٱلْمَنَّ وَٱلسَّلْوَىٰ ۖ كُلُوا۟ مِن طَيِّبَٰتِ مَا رَزَقْنَٰكُمْ ۚ وَمَا ظَلَمُونَا وَلَٰكِن كَانُوٓا۟ أَنفُسَهُمْ يَظْلِمُونَ ﴿٥٧﴾

58. Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwibuke n'igihe Tubabwira Duti: "Nimwinjire mu gisagara ceranda "Bayti-l Maqdis", muheze mufungure n'akayabagu mwisanzuye aho mushatse hose, maze mwinjire mu muryango mwunamiye Imana Allah, mwicishe bugufi, mugaca muvuga muti: "Dusavye ikigongwe cawe Mana!", Turaheza Tubagirira ikigongwe ku vyaha vyanyu. Tuzokwongerereza indishi rero abagwaneza muri mwebwe.

وَإِذْ قُلْنَا ٱدْخُلُوا۟ هَٰذِهِ ٱلْقَرْيَةَ فَكُلُوا۟ مِنْهَا حَيْثُ شِئْتُمْ رَغَدًا وَٱدْخُلُوا۟ ٱلْبَابَ سُجَّدًا وَقُولُوا۟ حِطَّةٌ نَّغْفِرْ لَكُمْ خَطَٰيَٰكُمْ ۚ وَسَنَزِيدُ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٥٨﴾

[1] Ibirirarira vy'ibiti bisosa nk'ubuki.
[2] Inyama z'ubwoko bw'inyoni.

59. Ni ho rero abirenganije muri Bene Israyeli baca bahindura ijambo basabwe kuvuga “Ikigongwe cawe Mana”, baraheza binjira bakurura ikibuno hasi, bavuga n’agasuzuguro n’akantu bati: “Urutete mu mushatsi Mana!”. Duca Tumanurira abirenganije igihano kivuye hejuru, bitewe n’ubugaba bahora bagira bwo kurenga ku mabwirizwa y’Imana Allah.

فَبَدَّلَ ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ قَوْلًا غَيْرَ ٱلَّذِى قِيلَ لَهُمْ فَأَنزَلْنَا عَلَى ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ رِجْزًا مِّنَ ٱلسَّمَآءِ بِمَا كَانُواْ يَفْسُقُونَ ﴿٥٩﴾

60. Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwibuke n’igihe mwanyoterwa, Intumwa y’Imana Musa (nyakugira amahoro y’Imana Allah) ikabasabira ko mwohemburwa, Duca Tuyibwira Duti: “Kubita inkoni yawe kw’ibuye”, rica ricikamwo amariba cumi n’abiri angana n’imiryango yari ng’aho. Gutyo umuryango wose wikiza inyota kw’iriba ryawo bwite, Turaheza Tubabwira Duti: “Nimufungure “Manna” na “Salwa” mwongere munywe kw’iriba. Izo ni inema z’Imana Allah kuri mwebwe, kandi ntimukagenzwe n’ubwononyi kw’isi”.

۞وَإِذِ ٱسْتَسْقَىٰ مُوسَىٰ لِقَوْمِهِۦ فَقُلْنَا ٱضْرِب بِّعَصَاكَ ٱلْحَجَرَ ۖ فَٱنفَجَرَتْ مِنْهُ ٱثْنَتَا عَشْرَةَ عَيْنًا ۖ قَدْ عَلِمَ كُلُّ أُنَاسٍ مَّشْرَبَهُمْ ۖ كُلُواْ وَٱشْرَبُواْ مِن رِّزْقِ ٱللَّهِ وَلَا تَعْثَوْاْ فِى ٱلْأَرْضِ مُفْسِدِينَ ﴿٦٠﴾

61. Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwibuke n’igihe mwavuga muti: “Ewe Musa! Ntidushobora kwama dufungura indya z’ubwoko bumwe! Dusabire Imana yawe Rurema Allah Iduhe mu vyimburwa vy’isi; nk’imboga, ibitunguru-sumu, intete nka “adasi” hamwe rero n’ibitunguru”. Intumwa Musa na yo ibishura iti: “Musaba guhindurirwa imfugurwa nziza cane ngo muronswe izicirirtse! Nimumanuke rero kw’isi ndimwa, muheze muronke ivyo musaba”. Bamaze kumanuka kw’isi ndimwa, baciye bugarizwa n’agasuzuguro hamwe n’ubukene bw’akataraboneka. Kubera ivyo rero, basubiye inyuma bakwiye gushavurirwa n’Imana Allah. Ivyo vyatewe n’uko bama bagararije Aayah z’Imana Allah, bakica n’Abavugishwamana ku kadenderezo ata kuri kwisunzwe. Ico gihano rero bagihawe kuko bagabitaniye Imana Allah, bagahohotera n’Intumwa zayo.

وَإِذْ قُلْتُمْ يَٰمُوسَىٰ لَن نَّصْبِرَ عَلَىٰ طَعَامٍ وَٰحِدٍ فَٱدْعُ لَنَا رَبَّكَ يُخْرِجْ لَنَا مِمَّا تُنۢبِتُ ٱلْأَرْضُ مِنۢ بَقْلِهَا وَقِثَّآئِهَا وَفُومِهَا وَعَدَسِهَا وَبَصَلِهَا ۖ قَالَ أَتَسْتَبْدِلُونَ ٱلَّذِى هُوَ أَدْنَىٰ بِٱلَّذِى هُوَ خَيْرٌ ۚ ٱهْبِطُواْ مِصْرًا فَإِنَّ لَكُم مَّا سَأَلْتُمْ ۗ وَضُرِبَتْ عَلَيْهِمُ ٱلذِّلَّةُ وَٱلْمَسْكَنَةُ وَبَآءُو بِغَضَبٍ مِّنَ ٱللَّهِ ۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ كَانُواْ يَكْفُرُونَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَيَقْتُلُونَ ٱلنَّبِيِّـۧنَ بِغَيْرِ ٱلْحَقِّ ۚ ذَٰلِكَ بِمَا عَصَواْ وَّكَانُواْ يَعْتَدُونَ ﴿٦١﴾

62. Mu vy’ukuri, abemeye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) bakayikurikira, abayahudi[1], abanaswara[2] hamwe rero n’abatsimbataye kuri kamerembere kabo batagira idini nyezina, abazokwemera vy’ukuri muri bo Imana Imwe Rudende Allah, Intumwa yayo Muhamadi n’umusi w’imperuka, bakanakora n’ibikorwa vyiza bitegetswe, abo rero bazosanga indishi yabo ku Mana yabo Rurema Allah,

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَٱلَّذِينَ هَادُواْ وَٱلنَّصَٰرَىٰ وَٱلصَّٰبِـِٔينَ مَنْ ءَامَنَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْـَٔاخِرِ وَعَمِلَ صَٰلِحًا فَلَهُمْ أَجْرُهُمْ عِندَ رَبِّهِمْ وَلَا خَوْفٌ عَلَيْهِمْ وَلَا هُمْ يَحْزَنُونَ ﴿٦٢﴾

[1] Abayahudi, ni abemeye Musa bakanamukurikira. Ijambo “abayahudi”, risigura abigaye ku Mana Allah.

[2] Abanaswara, ni abemeye Isa mwene Mariyamu bakamukurikira bakanamutabara. Ijambo “abanaswara”, risugura abatabazi.

kandi nta bwoba kuri bo bwo guhanwa, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu ku vyo basize kw'isi[1].

63. Bene Israyeli! Nimwibuke n'igihe Twabaha isezerano ko mwemera Imana Imwe Rudende Allah mukubahiriza n'ibiri muri Tawurati, Tukarerura hejuru yanyu umusozi Sinayi, Tukababwira Duti: "Nimufate nkama ivyo Twabategetse muri Tawurati Tutarabakororerako uwo musozi, maze mwitwararike gusoma no gukurikiza ibiri muri yo kugira ngo mwikingire ibihano".

وَإِذْ أَخَذْنَا مِيثَٰقَكُمْ وَرَفَعْنَا فَوْقَكُمُ ٱلطُّورَ خُذُوا۟ مَآ ءَاتَيْنَٰكُم بِقُوَّةٍ وَٱذْكُرُوا۟ مَا فِيهِ لَعَلَّكُمْ تَتَّقُونَ ﴿٦٣﴾

64. Inyuma y'ivyo vyose, mwarirengagije isezerano ryanyu, mureka kwubahiriza ivyo mwategetswe. Iyo hataba rero impano n'impuhwe z'Imana Allah ngo mwigaye, hanyuma mukababarirwa, ni ukuri mwari kuba mu bahomvye ubuzima bwo kw'isi n'ubw'inyuma yo gupfa.

ثُمَّ تَوَلَّيْتُم مِّنۢ بَعْدِ ذَٰلِكَ ۖ فَلَوْلَا فَضْلُ ٱللَّهِ عَلَيْكُمْ وَرَحْمَتُهُۥ لَكُنتُم مِّنَ ٱلْخَٰسِرِينَ ﴿٦٤﴾

65. Ni ukuri mwaramaze kumenya inkuru y'ivyashikiye abarenze kw'itegeko ry'Imana Allah muri mwebwe mu gacimbiri "Ilat". Bakoresheje urwenge mu kutubahiriza umusi w'isabato, aho batega insenga ku wa gatanu, bakazitegura ku musi w'iyinga, Turaheza Tubabwira Duti: "Nimuhinduke rero inkende musuzugurike".

وَلَقَدْ عَلِمْتُمُ ٱلَّذِينَ ٱعْتَدَوْا۟ مِنكُمْ فِى ٱلسَّبْتِ فَقُلْنَا لَهُمْ كُونُوا۟ قِرَدَةً خَٰسِـِٔينَ ﴿٦٥﴾

66. Ako gacimbiri rero Twahanye, Twakagize inkebuzo yotuma uducimbiri two mu micungararo n'utuzokurikira mu nyuma tudasubira gukoresha urwenge mu kurenga ku mabwirizwa, Tukagira n'inyigisho ku bagamburukiramana babayeho ico gihe n'inyuma y'aho.

فَجَعَلْنَٰهَا نَكَٰلًا لِّمَا بَيْنَ يَدَيْهَا وَمَا خَلْفَهَا وَمَوْعِظَةً لِّلْمُتَّقِينَ ﴿٦٦﴾

67. Bene Israyeli! Nimwibuke n'igihe Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yabwira abantu bayo muri ba sogokuru banyu, iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Ibategeka kubaga inka". Na bo n'amanyama n'akantu bakishura bati: "Mbega uriko uraduteburako?". Na yo ibishura yicisha bugufi iti: "Ndikinze ku Mana Allah ko noba mu bakehabwenge babeshera Imana Allah".

وَإِذْ قَالَ مُوسَىٰ لِقَوْمِهِۦٓ إِنَّ ٱللَّهَ يَأْمُرُكُمْ أَن تَذْبَحُوا۟ بَقَرَةً ۖ قَالُوٓا۟ أَتَتَّخِذُنَا هُزُوًا ۖ قَالَ أَعُوذُ بِٱللَّهِ أَنْ أَكُونَ مِنَ ٱلْجَٰهِلِينَ ﴿٦٧﴾

68. Baraheza bavuga bati: "Dusabire Imana yawe Rurema Allah Idusobanurire ibiranga iyo nka". Maze ibishura iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Ibabwira Iti: "Ibiranga iyo nka, ntishaje, kandi si ishashi, ni iyiri hagati na hagati y'izo. Kubera ivyo rero, nimushire mu ngiro ivyo mutegetswe"".

قَالُوا۟ ٱدْعُ لَنَا رَبَّكَ يُبَيِّن لَّنَا مَا هِىَ ۚ قَالَ إِنَّهُۥ يَقُولُ إِنَّهَا بَقَرَةٌ لَّا فَارِضٌ وَلَا بِكْرٌ ۖ عَوَانٌۢ بَيْنَ ذَٰلِكَ ۖ فَٱفْعَلُوا۟ مَا تُؤْمَرُونَ ﴿٦٨﴾

69. Baraheza barasubizayo bati: "Erega dusabire Imana yawe Rurema Allah Idutomorere neza uko isa!". Na yo ibishura iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Ibabwira ko iyo nka isa n'umuhondo uhishiye cane, ishajije, ibereye ijisho ku bayiraba".

قَالُوا۟ ٱدْعُ لَنَا رَبَّكَ يُبَيِّن لَّنَا مَا لَوْنُهَا ۚ قَالَ إِنَّهُۥ يَقُولُ إِنَّهَا بَقَرَةٌ صَفْرَآءُ فَاقِعٌ لَّوْنُهَا تَسُرُّ ٱلنَّٰظِرِينَ ﴿٦٩﴾

[1] Inyuma y'irungikwa ry'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku bantu bose, nta dini ryemewe ku Mana Allah atari idini ry'ubwislamu yaje ishimangira kuko ari ryo dini Imana Allah Yarungikanye Intumwa zose, rishingiye ku kwemera Imana Imwe Rudende Allah.

70. Barasubira kandi bati: “Dusabire Imana yawe Rurema Allah Yongere Idutomorere kurusha iyo nka iyo ari yo. Mu vy’ukuri, inka zatuzazaniye, na twe ku bushake bw’Imana Allah turipfuza gushika ku nka ikenewe”.

قَالُواْ ٱدۡعُ لَنَا رَبَّكَ يُبَيِّن لَّنَا مَا هِيَ إِنَّ ٱلۡبَقَرَ تَشَٰبَهَ عَلَيۡنَا وَإِنَّآ إِن شَآءَ ٱللَّهُ لَمُهۡتَدُونَ ٧٠

71. Intumwa y’Imana Musa (nyakugira amahoro y’Imana Allah) ibishura iti: “Ni ukuri, Imana Allah Ibabwira ko iyo nka atari inka yororewe kurima canke kuvomera, ntigira agatosi na gato, ifise ibara rimwe ry’umuhondo ritarobetse”. Ni ko guca bavuga bati: “Ubu rero uzanye ukuri nya kuri”. Baraheza barayibaga. Bahatswe no kutabikora bitewe n’ukuntu izimvye.

قَالَ إِنَّهُۥ يَقُولُ إِنَّهَا بَقَرَةٞ لَّا ذَلُولٞ تُثِيرُ ٱلۡأَرۡضَ وَلَا تَسۡقِي ٱلۡحَرۡثَ مُسَلَّمَةٞ لَّا شِيَةَ فِيهَاۚ قَالُواْ ٱلۡـَٰٔنَ جِئۡتَ بِٱلۡحَقِّۚ فَذَبَحُوهَا وَمَا كَادُواْ يَفۡعَلُونَ ٧١

72. Bene Israyeli! Nimwibuke kandi n’igihe bamwe muri mwebwe bica umuntu, maze mugacanamwo murondera kumenya uwamwishe. Imana Allah Izogaragaza ivyo mwari mwahishije kw’iyicwa rya nya muntu.

وَإِذۡ قَتَلۡتُمۡ نَفۡسٗا فَٱدَّٰرَٰٔتُمۡ فِيهَاۖ وَٱللَّهُ مُخۡرِجٞ مَّا كُنتُمۡ تَكۡتُمُونَ ٧٢

73. Ni ho rero Twaheza Tukababwira Duti: “Nimukubite uwapfuye n’ibihimba bimwe mu bihimba vy’iyo nka mwabaze, Imana Allah Ica Imusubiza ubuzima araheza ababwira uwamwishe. Ni nk’uko nyene rero Imana Allah Izosubiza abapfuye ubuzima ku musi w’izuka, bakazuka. Ibereka n’ivyemezo vyerekana ubushobozi bwayo kugira ngo mutegere neza ububasha bwayo.

فَقُلۡنَا ٱضۡرِبُوهُ بِبَعۡضِهَاۚ كَذَٰلِكَ يُحۡيِ ٱللَّهُ ٱلۡمَوۡتَىٰ وَيُرِيكُمۡ ءَايَٰتِهِۦ لَعَلَّكُمۡ تَعۡقِلُونَ ٧٣

74. Mu nyuma y’aho rero, imitima yanyu ha kworoha, yacitse urutare ntiyumva ukuri, imera nk’amabuye canke irusha amabuye gukomera. Ni ukuri, mu mabuye harimwo ayoroshe kuruta imitima yanyu, ariyasa hagatembamwo inzuzi. Ni ukuri, muri yo harimwo ayasaduka hakavamwo iriba ry’amazi, muri yo harimwo n’ayahanantuka imusozi ku gutinya Imana Allah. Burya Imana Allah ntiyirengagiza ivyo mukora, Izobibahembera.

ثُمَّ قَسَتۡ قُلُوبُكُم مِّنۢ بَعۡدِ ذَٰلِكَ فَهِيَ كَٱلۡحِجَارَةِ أَوۡ أَشَدُّ قَسۡوَةٗۚ وَإِنَّ مِنَ ٱلۡحِجَارَةِ لَمَا يَتَفَجَّرُ مِنۡهُ ٱلۡأَنۡهَٰرُۚ وَإِنَّ مِنۡهَا لَمَا يَشَّقَّقُ فَيَخۡرُجُ مِنۡهُ ٱلۡمَآءُۚ وَإِنَّ مِنۡهَا لَمَا يَهۡبِطُ مِنۡ خَشۡيَةِ ٱللَّهِۗ وَمَا ٱللَّهُ بِغَٰفِلٍ عَمَّا تَعۡمَلُونَ ٧٤

75. Bemeramana! Mbega karashize ingani mwibagire akagagazo ka Bene Israyeli, muheze mwipfuze ko bokwemera Intumwa yanyu Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), kandi umugwi w’abamenyi muri bo wahora wumva amajambo y’Imana Allah muri Tawurati, hanyuma ukayahindura nk’uko wishakiye mu kuyasigura ukutari ko, inyuma y’aho utahuriye ukuri kurimwo kandi uzi n’uko urementaniriza Imana Allah!

۞أَفَتَطۡمَعُونَ أَن يُؤۡمِنُواْ لَكُمۡ وَقَدۡ كَانَ فَرِيقٞ مِّنۡهُمۡ يَسۡمَعُونَ كَلَٰمَ ٱللَّهِ ثُمَّ يُحَرِّفُونَهُۥ مِنۢ بَعۡدِ مَا عَقَلُوهُ وَهُمۡ يَعۡلَمُونَ ٧٥

76. Iyo bahuye n’abemeramana mu bislamu, bababa akarimi gasosa bati: “Twaremeye ko Muhamadi ari Intumwa y’Imana nk’uko tubisanga muri Tawurati”. Iyo naho bihererey bonyene bakavuga bakeburana mu

وَإِذَا لَقُواْ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ قَالُوٓاْ ءَامَنَّا وَإِذَا خَلَا بَعۡضُهُمۡ إِلَىٰ بَعۡضٖ قَالُوٓاْ أَتُحَدِّثُونَهُم

بِمَا فَتَحَ ٱللَّهُ عَلَيۡكُمۡ لِيُحَآجُّوكُم بِهِۦ عِندَ رَبِّكُمۡۚ أَفَلَا تَعۡقِلُونَ ٧٦

guhakana bati: “Mbega yemwe mubwira abislamu ivyo Imana Yabigishije muri Tawurati, vyemeza ko Muhamadi ari Intumwa y’Imana, kugira ngo bazobatsindishe ingingo imbere y’Imana yanyu Rurema Allah! Ubwo ntimwogarura akenge ngo mwiyubare!”.

أَوَلَا يَعۡلَمُونَ أَنَّ ٱللَّهَ يَعۡلَمُ مَا يُسِرُّونَ وَمَا يُعۡلِنُونَ ٧٧

77. Mbega ntibazi mu vy’ukuri ko Imana Allah Izi neza ivyo bagirira mu mpisho n’ivyo bagirira ku mugaragaro, n’uko kandi Izobibahembera!

وَمِنۡهُمۡ أُمِّيُّونَ لَا يَعۡلَمُونَ ٱلۡكِتَٰبَ إِلَّآ أَمَانِيَّ وَإِنۡ هُمۡ إِلَّا يَظُنُّونَ ٧٨

78. Burya mu bayahudi harimwo abatazi gusoma no kwandika, batazi n’ibiranga Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) ibiri muri Tawurati kiretse ivyipfuzo n’irementanya. Kandi bo nta co bazi atari ugukekeranya gusa.

فَوَيۡلٞ لِّلَّذِينَ يَكۡتُبُونَ ٱلۡكِتَٰبَ بِأَيۡدِيهِمۡ ثُمَّ يَقُولُونَ هَٰذَا مِنۡ عِندِ ٱللَّهِ لِيَشۡتَرُواْ بِهِۦ ثَمَنٗا قَلِيلٗاۖ فَوَيۡلٞ لَّهُم مِّمَّا كَتَبَتۡ أَيۡدِيهِمۡ وَوَيۡلٞ لَّهُم مِّمَّا يَكۡسِبُونَ ٧٩

79. Uguhanwa nya guhanwa rero, ni ukwa barya bahindagura mu kwandika n’iminwe yabo ibiri muri Tawurati, hanyuma bakavuga bati: “Ng’ibi ibivuye ku Mana Allah”, kandi biteye kubiri n’ibiri muri yo, kugira ngo babigurishe ku giciro gito. Kubera ivyo rero, uguhanwa nya guhanwa ni ukw’abo ku kubera ivyanditswe n’iminwe yabo. Uguhanwa nya guhanwa ni ukw’abo ku vyo baronderera mw’iryo hindagurwa rya Tawurati.

وَقَالُواْ لَن تَمَسَّنَا ٱلنَّارُ إِلَّآ أَيَّامٗا مَّعۡدُودَةٗۚ قُلۡ أَتَّخَذۡتُمۡ عِندَ ٱللَّهِ عَهۡدٗا فَلَن يُخۡلِفَ ٱللَّهُ عَهۡدَهُۥٓۖ أَمۡ تَقُولُونَ عَلَى ٱللَّهِ مَا لَا تَعۡلَمُونَ ٨٠

80. Bene Israyeli bavuze bati: “Ntituzohanwa mu muriro kiretse imisi y’imparurwa (itarenga mirongo ine)”. Ntumwa y’Imana! Babeshuze maze ubabwire uti: “Mbega mwoba mwarahawe isezerano ry’Imana Allah ko Itazobahana kiretse ico kiringo, ku buryo Itazoca kubiri n’isezerano Yabahaye! Ahubwo rero mwebwe mubeshera Imana Allah ivyo mutazi”.

بَلَىٰ مَن كَسَبَ سَيِّئَةٗ وَأَحَٰطَتۡ بِهِۦ خَطِيٓـَٔتُهُۥ فَأُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلنَّارِۖ هُمۡ فِيهَا خَٰلِدُونَ ٨١

81. Si nk’uko murementanya rero! Ahubwo ingingo y’Imana Allah ntiyigera ihinduka, ko hazohanwa abarondera gucumura bacumuye bagarariza, maze ivyaha vyabo bikabakikuza ku mpande zose, bagacika ababangikanyamana, abo rero, ni bo bantu bo mu muriro, bobo bazowubamwo ibihe bidahera.

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ أُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلۡجَنَّةِۖ هُمۡ فِيهَا خَٰلِدُونَ ٨٢

82. Na barya bemeye vy’ukuri Imana Allah n’Intumwa zayo, bagakora n’ivyiza bitegetswe, abo rero na bo nyene bazoshimirwa, ni bo bantu bo mu Bwami bw’ijuru, bazobubamwo ibihe bidahera.

وَإِذۡ أَخَذۡنَا مِيثَٰقَ بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ لَا تَعۡبُدُونَ إِلَّا ٱللَّهَ وَبِٱلۡوَٰلِدَيۡنِ إِحۡسَانٗا وَذِي ٱلۡقُرۡبَىٰ وَٱلۡيَتَٰمَىٰ وَٱلۡمَسَٰكِينِ وَقُولُواْ لِلنَّاسِ حُسۡنٗا

83. Bene Israyeli! Nimwibuke n’igihe Twabaha isezerano Duti: “Ntimwiyegereze mu gusenga kiretse Imana Imwe Rudende Allah, muheze mwubahe mwubahirize agateka k’abavyeyi babibarutse mu bugwaneza, mukorere n’ineza incuti mu miryango, impfuvyi hamwe rero n’abakene, mwongere mubwire abantu akajambo keza, mutsimbataze isengesho rikwije ibisabwa ku mwanya waryo, munatanga

n'ishikanwa-bwirizwa". Mu nyuma y'aho, mwahavuye mugenza umugongo ntimwubahiriza isezerano, kiretse bake muri mwebwe. Kandi mwashishikaye muvyirengagiza ku kagagazo.

وَأَقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتُواْ ٱلزَّكَوٰةَ ثُمَّ تَوَلَّيۡتُمۡ إِلَّا قَلِيلٗا مِّنكُمۡ وَأَنتُم مُّعۡرِضُونَ ٨٣

84. Bene Israyeli! Nimwibuke n'igihe Twabaha isezerano ko mutazokwicana ngo musese amaraso hagati yanyu, n'uko mutazokwomorana mu zanyu, muraheza muravyemera muranavyemanga;

وَإِذۡ أَخَذۡنَا مِيثَٰقَكُمۡ لَا تَسۡفِكُونَ دِمَآءَكُمۡ وَلَا تُخۡرِجُونَ أَنفُسَكُم مِّن دِيَٰرِكُمۡ ثُمَّ أَقۡرَرۡتُمۡ وَأَنتُمۡ تَشۡهَدُونَ ٨٤

85. Hanyuma mwebwe nyene mu gihe c'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) muca kubiri n'iryo sezerano, muricana hagati yanyu, mwomora bamwe muri mwebwe mu zabo, mufashanya n'ababangikanyamana mu gukora ivyaha no mu kurenganya, bituma bamwe muri mwebwe bicwa, barasohorwa no mu zabo. Iyo abagizwe imbohe muri mwebwe baje babagana, murababohoza mwisunze inyigisho za Tawurati, kandi bibujijwe kuri mwebwe kubakura mu zabo. Mbega none ga ntuze, mwemera bimwe muri Tawurati; nko kubohoza imbohe z'indwano, mukagarariza ibindi; nko kwica no kwomorana mu zanyu! Mbega indishi y'abakora ivyo muri mwebwe yoba iyihe, atari ugusuzugurika mu buzima bwo kw'isi! Ku musi w'izuka naho bazoshirwa mu bihano bikomeye. Burya Imana Allah ntiyirengagiza ivyo mukora, Izobibahembera.

ثُمَّ أَنتُمۡ هَٰٓؤُلَآءِ تَقۡتُلُونَ أَنفُسَكُمۡ وَتُخۡرِجُونَ فَرِيقٗا مِّنكُم مِّن دِيَٰرِهِمۡ تَظَٰهَرُونَ عَلَيۡهِم بِٱلۡإِثۡمِ وَٱلۡعُدۡوَٰنِ وَإِن يَأۡتُوكُمۡ أُسَٰرَىٰ تُفَٰدُوهُمۡ وَهُوَ مُحَرَّمٌ عَلَيۡكُمۡ إِخۡرَاجُهُمۡۚ أَفَتُؤۡمِنُونَ بِبَعۡضِ ٱلۡكِتَٰبِ وَتَكۡفُرُونَ بِبَعۡضٖۚ فَمَا جَزَآءُ مَن يَفۡعَلُ ذَٰلِكَ مِنكُمۡ إِلَّا خِزۡيٞ فِي ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَاۖ وَيَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ يُرَدُّونَ إِلَىٰٓ أَشَدِّ ٱلۡعَذَابِۗ وَمَا ٱللَّهُ بِغَٰفِلٍ عَمَّا تَعۡمَلُونَ ٨٥

86. Abo ni bo rero biguze ubuzima buciriritse bwo kw'isi ha guhitamwo ubuzima bw'inyuma yo gupfa, ntibazotezurirwa namba mu bihano ku musi w'izuka, eka mbere bobo ntibazoronka n'uwubatabara ngo abakure mu bihano.

أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ ٱشۡتَرَوُاْ ٱلۡحَيَوٰةَ ٱلدُّنۡيَا بِٱلۡأٓخِرَةِۖ فَلَا يُخَفَّفُ عَنۡهُمُ ٱلۡعَذَابُ وَلَا هُمۡ يُنصَرُونَ ٨٦

87. Ni ukuri, Twarahaye Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Igitabu ca Tawurati, mu nyuma yayo Turungika izindi Ntumwa muri Bene Israyeli, Turaheza Duha Intumwa Isa (Yezu) mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ibitangaro bigaragara vyemeza ko ari Intumwa y'Imana[1], Tumuteza intege Mutimamutagatifu Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah). Mbega none murakanagaye igihe cose haje Intumwa ibazaniye ivyo imitima yanyu itipfuza, mugagaze n'amanyama n'akantu! Zimwe muri zo mwarazigararije izindi na zo murazica.

وَلَقَدۡ ءَاتَيۡنَا مُوسَى ٱلۡكِتَٰبَ وَقَفَّيۡنَا مِنۢ بَعۡدِهِۦ بِٱلرُّسُلِۖ وَءَاتَيۡنَا عِيسَى ٱبۡنَ مَرۡيَمَ ٱلۡبَيِّنَٰتِ وَأَيَّدۡنَٰهُ بِرُوحِ ٱلۡقُدُسِۗ أَفَكُلَّمَا جَآءَكُمۡ رَسُولُۢ بِمَا لَا تَهۡوَىٰٓ أَنفُسُكُمُ ٱسۡتَكۡبَرۡتُمۡ فَفَرِيقٗا كَذَّبۡتُمۡ وَفَرِيقٗا تَقۡتُلُونَ ٨٧

88. Bene Israyeli babwiye Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bigovyora bati: "Imitima yacu irugaye, ntiturota tukwemera". Si nk'uko bibwira, ahubwo nyabuna Imana Allah Yaramaze

وَقَالُواْ قُلُوبُنَا غُلۡفُۢۚ بَل لَّعَنَهُمُ ٱللَّهُ بِكُفۡرِهِمۡ فَقَلِيلٗا مَّا يُؤۡمِنُونَ ٨٨

[1] Nk'ukuvura uwavutse ari impumyi ku bushobozi bw'Imana Allah, uwavukanye indwara zo ku ruhu (urukoba) ku bushobozi bw'Imana Allah, gusubiza ubuzima abapfuye ku bushobozi bw'Imana Allah.

kubavuma ku kubera ubugarariji bwabo. Burya ni na gake bemera ngo bibagirire akamaro.

وَلَمَّا جَآءَهُمْ كِتَٰبٌ مِّنْ عِندِ ٱللَّهِ مُصَدِّقٌ لِّمَا مَعَهُمْ وَكَانُواْ مِن قَبْلُ يَسْتَفْتِحُونَ عَلَى ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ فَلَمَّا جَآءَهُم مَّا عَرَفُواْ كَفَرُواْ بِهِۦۚ فَلَعْنَةُ ٱللَّهِ عَلَى ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٨٩﴾

89. Igihe Bene Israyeli bashikirizwa Igitabu ca Qor'ani kivuye ku Mana Allah gishimangira ivyo basanganwe muri Tawurati n'Injili, barakigararije barahakana n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kandi imbere y'aho bahora basaba Imana ko botsinda abagarariji bari kumwe n'Intumwa ya nyuma yimirije gushika. Iyo Ntumwa rero imaze kubashikira irangwa n'ivyo bari bazi muri Tawurati, barayigararije ku mvo z'uko itavuye muri bo. Abagarariji barakavumwa n'Imana Allah.

بِئْسَمَا ٱشْتَرَوْاْ بِهِۦٓ أَنفُسَهُمْ أَن يَكْفُرُواْ بِمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ بَغْيًا أَن يُنَزِّلَ ٱللَّهُ مِن فَضْلِهِۦ عَلَىٰ مَن يَشَآءُ مِنْ عِبَادِهِۦۖ فَبَآءُو بِغَضَبٍ عَلَىٰ غَضَبٍۚ وَلِلْكَٰفِرِينَ عَذَابٌ مُّهِينٌ ﴿٩٠﴾

90. Ni bibi cane ivyo biguze bagahitamwo umuriro udahera, bitewe no kugarariza Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), no guhakana bivuye inyuma ivyo Imana Allah Yayimanuriye muri Qor'ani, kubera urwanko rw'akarenganyo rw'uko Imana Allah Yomanurira Qor'ani uwo Ishaka mu biremwa vyayo, atari muri Bene Israyeli. Kubera ivyo rero, bari bakwiye ishavu ry'Imana ryiyongera kw'ishavu ritewe no guhindagura ibiri muri Tawurati. Burya rero abagararije ubutumwa bwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) barategekanirijwe ibihano bisuzuguza.

وَإِذَا قِيلَ لَهُمْ ءَامِنُواْ بِمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ قَالُواْ نُؤْمِنُ بِمَآ أُنزِلَ عَلَيْنَا وَيَكْفُرُونَ بِمَا وَرَآءَهُۥ وَهُوَ ٱلْحَقُّ مُصَدِّقًا لِّمَا مَعَهُمْۗ قُلْ فَلِمَ تَقْتُلُونَ أَنۢبِيَآءَ ٱللَّهِ مِن قَبْلُ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿٩١﴾

91. Iyo Abayahudi babwiwe bati: "Nimwemere ivyamanuwe n'Imana Allah muri Qor'ani", bishura bati: "Twemera ivyamanuriwe Abavugishwamana barungitswe gusa muri twebwe", bakagarariza Qor'ani yamanuwe mu nyuma yavyo mu gihe ari kwo kuri gushimangira ivyo bafise muri Tawurati. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "None ni kuki mwishe Abavugishwamana imbere yuko Qor'ani imanuka, nimwaba mwemera koko ivyo mwamanuriwe muri Tawurati!".

وَلَقَدْ جَآءَكُم مُّوسَىٰ بِٱلْبَيِّنَٰتِ ثُمَّ ٱتَّخَذْتُمُ ٱلْعِجْلَ مِنۢ بَعْدِهِۦ وَأَنتُمْ ظَٰلِمُونَ ﴿٩٢﴾

92. Ni ukuri, Umuvugishwamana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yarabazaniye ibitangaro bigaragara vyemeza ukuri kwiwe[1], hamwe n'ivyo rero mwafashe igishusho c'inyana y'inka mwibumbiye muragisenga mu nyuma y'aho Musa agiriye kw'isezerano ryo kuvugana n'Imana Allah, mu gihe mwari abirenganije mu gusenga ibintazi.

[1] Ivyo bitangaro bikaba vyari ibi bikurikira: ihinduka ry'inkoni ikaba inzoka amahanga, gusayangana kw'ikiganza mu gihe agikuye mu kwaha, itera ry'amapfa, ikeha ry'umwimbu w'ivyamwa, itera ry'imyuzurire y'amazi, itera ry'inzige, itera ry'udukoko turya ico ari co cose duhuye na co, itera ry'ibikere bikwiragiye hose n'ihinduka ry'ibinyobwa bigacika amaraso.

93. Bene Israyeli! Nimwibuke n'igihe Twabaha isezerano ko muzokwubahiriza ibiri muri Tawurati, Tukarerura hejuru yanyu umusozi Sinayi, Tukababwira Duti: "Nimufate nkama ivyo Twabategetse muri Tawurati, maze muvyumve muvyubahirize Tutarabakororerako uwo musozi". Bavuze bigovyora bati: "Twumvise ijambo ryawe, tugararije itegeko ryawe". Bavuze ukwo kubera imitima yabo yari irajwe ishinga no gusenga igishusho c'inyana y'inka bibumbiye bitewe no kugarariza. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Ni bibi cane ivyo mutegekwa n'ukwemera kwanyu nimwaba mwemera ivyo mwamanuriwe n'Imana Allah".

وَإِذْ أَخَذْنَا مِيثَٰقَكُمْ وَرَفَعْنَا فَوْقَكُمُ ٱلطُّورَ خُذُوا۟ مَآ ءَاتَيْنَٰكُم بِقُوَّةٍ وَٱسْمَعُوا۟ ۖ قَالُوا۟ سَمِعْنَا وَعَصَيْنَا وَأُشْرِبُوا۟ فِى قُلُوبِهِمُ ٱلْعِجْلَ بِكُفْرِهِمْ ۚ قُلْ بِئْسَمَا يَأْمُرُكُم بِهِۦٓ إِيمَٰنُكُمْ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿٩٣﴾

94. Ntumwa y'Imana! Bwira Abayahudi uti: "Nimwaba mufise Ubwami bw'ijuru bwanyu bwite ku Mana Allah, mugenewe mwebwe gusa ata bandi bantu barimwo, nimwipfuze rero urupfu maze mupfe, mubwinjire nimwaba muri imvugakuri!".

قُلْ إِن كَانَتْ لَكُمُ ٱلدَّارُ ٱلْءَاخِرَةُ عِندَ ٱللَّهِ خَالِصَةً مِّن دُونِ ٱلنَّاسِ فَتَمَنَّوُا۟ ٱلْمَوْتَ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٩٤﴾

95. Emwee! Ntibazokwigera bipfuza urupfu na rimwe kuko bazi neza ukuri kw'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), n'uko bo barementanya ku kubera ubugarariji bakoze. Burya rero Imana Allah Irazi neza abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa yayo, kandi Izobibahembera.

وَلَن يَتَمَنَّوْهُ أَبَدًۢا بِمَا قَدَّمَتْ أَيْدِيهِمْ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌۢ بِٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٩٥﴾

96. Ni ukuri, uzobasanga bahurumbira cane ubuzima bwo kw'isi uko buri kwose, mbere bakabuhurumbira gusumba kurya buhurumbirwa n'ababangikanyamana. Umwe wese muri bo rero yipfuza ko yoramba akabaho imyaka igihumbi, kandi n'aho yoramba iyo myaka, ntibizomubuza guhanwa. Burya rero Imana Allah ni Nyenukubona, Irabona neza ivyo bakora, kandi Izobibahembera.

وَلَتَجِدَنَّهُمْ أَحْرَصَ ٱلنَّاسِ عَلَىٰ حَيَوٰةٍ وَمِنَ ٱلَّذِينَ أَشْرَكُوا۟ ۚ يَوَدُّ أَحَدُهُمْ لَوْ يُعَمَّرُ أَلْفَ سَنَةٍ وَمَا هُوَ بِمُزَحْزِحِهِۦ مِنَ ٱلْعَذَابِ أَن يُعَمَّرَ ۗ وَٱللَّهُ بَصِيرٌۢ بِمَا يَعْمَلُونَ ﴿٩٦﴾

97. Ntumwa y'Imana! Vuga wishure abayahudi ku kwibwira kwabo ko umumalayika Jibrili ari umwansi wabo, uti: "Uwuzoba umwansi w'umumalayika Jibrili, namenye ko mu vy'ukuri uyo mumalayika yamanuye Qor'ani mu mushaha wawe kw'itegeko ry'Imana Allah, ishimangira ukuri kuri mu Bitabu vy'aho hambere yayo, ni n'uburongozi ikaba n'inkuru nziza ku bemeramana.

قُلْ مَن كَانَ عَدُوًّا لِّجِبْرِيلَ فَإِنَّهُۥ نَزَّلَهُۥ عَلَىٰ قَلْبِكَ بِإِذْنِ ٱللَّهِ مُصَدِّقًا لِّمَا بَيْنَ يَدَيْهِ وَهُدًى وَبُشْرَىٰ لِلْمُؤْمِنِينَ ﴿٩٧﴾

98. Uwuzoba umwansi w'Imana Allah n'abamalayika bayo, n'Intumwa zayo mu bamalayika no mu bantu, na canecane abamalayika Jibrili na Mikayeli[1], namenye ko Imana Allah ari Umwansi w'abagararije ivyahishuwe muri Qor'ani".

مَن كَانَ عَدُوًّا لِّلَّهِ وَمَلَٰٓئِكَتِهِۦ وَرُسُلِهِۦ وَجِبْرِيلَ وَمِيكَىٰلَ فَإِنَّ ٱللَّهَ عَدُوٌّ لِّلْكَٰفِرِينَ ﴿٩٨﴾

[1] Abayahudi bibwira ko Jibrili ari umwansi wabo n'uko Mikayeli ari umuhagarikizi wabo.

وَلَقَدۡ أَنزَلۡنَآ إِلَيۡكَ ءَايَٰتِۭ بَيِّنَٰتٖۖ وَمَا يَكۡفُرُ بِهَآ إِلَّا ٱلۡفَٰسِقُونَ ٩٩

99. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, Twarakumanuriye Aayah n'ivyemezo bitomoye vyemeza ko wewe Muhamadi uri Umuvugishwamana vy'ukuri, ku buryo atawubigarariza atari ibigaba bica kubiri n'idini ry'Imana Allah.

أَوَكُلَّمَا عَٰهَدُواْ عَهۡدٗا نَّبَذَهُۥ فَرِيقٞ مِّنۡهُمۚ بَلۡ أَكۡثَرُهُمۡ لَا يُؤۡمِنُونَ ١٠٠

100. Mbega none igihe cose abayahudi batanze isezerano bakwiye kwubahiriza, muri bo hazokwama havamwo umugwi wihindukize kuri ryo, urihonyange! Ahubwo rero abenshi muri bo ntibemera ivyo Imana Allah Yahishuriye Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

وَلَمَّا جَآءَهُمۡ رَسُولٞ مِّنۡ عِندِ ٱللَّهِ مُصَدِّقٞ لِّمَا مَعَهُمۡ نَبَذَ فَرِيقٞ مِّنَ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلۡكِتَٰبَ كِتَٰبَ ٱللَّهِ وَرَآءَ ظُهُورِهِمۡ كَأَنَّهُمۡ لَا يَعۡلَمُونَ ١٠١

101. Igihe bashikirwa n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ibazaniye Igitabu ca Qor'ani kivuye ku Mana Allah, gishimangira ivyo bafise muri Tawurati, umugwi w'abamenyi bahawe Igitabu muri bo warihindukije, ushira Igitabu Qor'ani c'Imana Allah inyuma y'umugongo ntiwakurikiza ibirimwo nk'aho boba ata na kimwe bakiziko.

وَٱتَّبَعُواْ مَا تَتۡلُواْ ٱلشَّيَٰطِينُ عَلَىٰ مُلۡكِ سُلَيۡمَٰنَۖ وَمَا كَفَرَ سُلَيۡمَٰنُ وَلَٰكِنَّ ٱلشَّيَٰطِينَ كَفَرُواْ يُعَلِّمُونَ ٱلنَّاسَ ٱلسِّحۡرَ وَمَآ أُنزِلَ عَلَى ٱلۡمَلَكَيۡنِ بِبَابِلَ هَٰرُوتَ وَمَٰرُوتَۚ وَمَا يُعَلِّمَانِ مِنۡ أَحَدٍ حَتَّىٰ يَقُولَآ إِنَّمَا نَحۡنُ فِتۡنَةٞ فَلَا تَكۡفُرۡۖ فَيَتَعَلَّمُونَ مِنۡهُمَا مَا يُفَرِّقُونَ بِهِۦ بَيۡنَ ٱلۡمَرۡءِ وَزَوۡجِهِۦۚ وَمَا هُم بِضَآرِّينَ بِهِۦ مِنۡ أَحَدٍ إِلَّا بِإِذۡنِ ٱللَّهِۚ وَيَتَعَلَّمُونَ مَا يَضُرُّهُمۡ وَلَا يَنفَعُهُمۡۚ وَلَقَدۡ عَلِمُواْ لَمَنِ ٱشۡتَرَىٰهُ مَا لَهُۥ فِي ٱلۡأٓخِرَةِ مِنۡ خَلَٰقٖۚ وَلَبِئۡسَ مَا شَرَوۡاْ بِهِۦٓ أَنفُسَهُمۡۚ لَوۡ كَانُواْ يَعۡلَمُونَ ١٠٢

102. Abayahudi bakurikije ivyo amashetani yabwira abarozi n'abapfumu mu bantu, igihe c'ubwami bw'Intumwa Sulayimani (nyakugira amahoro y'Imana Allah), bibaza ko ikoreshwa ry'umuyaga n'amajini ico gihe vyari vyavuye ku mvo z'uburozi. Ntibikabe! Intumwa y'Imana Sulayimani ntiyagararije, nta n'uburozi yigeze yiga, mugabo amashetani ni yo yagararije Imana Allah mu kwigisha abantu uburozi. Babigisha n'ivyamanuriwe abamalayika "Haaruti" na "Maaruti" ahitwa "Baabili" muri Iraki kugira ngo Imana Allah Igerageze ibiremwa, kandi nya bamalayika nta n'umwe bigisha batabanje kumwihaniza bati: "Mu vy'ukuri, twebwe turi ikigeragezo ntugararize mu kwiga uburozi ngo uhave wumvira shetani". Abantu rero baraheza bariga ivyokoreshwa mu gutandukanya umuntu n'umukenyezi wiwe. Burya abarozi, bobo nta bushobozi bafise bwo kugirira nabi umuntu n'umwe, kiretse ku bushake bw'Imana Allah. Ni uko rero, bahavuye biga ibibagirira ingaruka mbi mu kwemera, eka mbere nta n'ico bibungura kw'isi. Ni ukuri, Abayahudi baramenye ko uwuhisemwo kuroga yirengagije ukuri, ata mugabane w'ivyiza azoronka mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Kandi rero, ni bibi cane ivyo biguze mu guhitamwo kuroga no kugarariza ha guhitamwo ukwemera ukuri no gukurikira Intumwa. Iyo rero baba bazi neza ibihano bibarindiriye, ntibari kugarariza.

وَلَوۡ أَنَّهُمۡ ءَامَنُواْ وَٱتَّقَوۡاْ لَمَثُوبَةٞ مِّنۡ عِندِ ٱللَّهِ خَيۡرٞۚ لَّوۡ كَانُواْ يَعۡلَمُونَ ١٠٣

103. Iyo Abayahudi bemera bakanatinya ibihano vy'Imana Allah, bari kumenya ko indishi ivuye ku Mana Allah ari yo

nziza cane gusumba uburozi n'ico babukuramwo. Iyo rero baba bazi ivyo, bari kwemera vy'ukuri.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَقُولُواْ رَٰعِنَا وَقُولُواْ ٱنظُرْنَا وَٱسْمَعُواْۗ وَلِلْكَٰفِرِينَ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿١٠٤﴾

104. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukavuge mu gusaba Intumwa y'Imana ko ibitwararika mu nyigisho, mukoresheje ijambo "Raa'inaa" kuko ari igitutsi mu mvugo y'abayahudi, ahubwo muravuga muti: "Undhu-rnaa" (dutumbere kugira ngo tugutahure neza gusumba), muheze kandi rero mutege amatwi mwumvirize inyigisho muhabwa. Abagarariji na bo barategekanirijwe ibihano bibabaza.

مَّا يَوَدُّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ مِنْ أَهْلِ ٱلْكِتَٰبِ وَلَا ٱلْمُشْرِكِينَ أَن يُنَزَّلَ عَلَيْكُم مِّنْ خَيْرٍ مِّن رَّبِّكُمْۚ وَٱللَّهُ يَخْتَصُّ بِرَحْمَتِهِۦ مَن يَشَآءُۚ وَٱللَّهُ ذُو ٱلْفَضْلِ ٱلْعَظِيمِ ﴿١٠٥﴾

105. Kubera urwanko abagarariye mu bahawe Igitabu n'ababangikanyamana babafitiye, ntibipfuza ko Imana yanyu Rurema Allah Ibamanurira ineza iyo ari yo yose; yaba Qor'ani canke izindi mpano. Burya Imana Allah Iha ubutumwa uwo Ishatse ku mpuhwe zayo. Burya kandi rero Imana Allah ni Yo Nyenimpano nyinshi zihambaye.

۞مَا نَنسَخْ مِنْ ءَايَةٍ أَوْ نُنسِهَا نَأْتِ بِخَيْرٍ مِّنْهَآ أَوْ مِثْلِهَآۗ أَلَمْ تَعْلَمْ أَنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿١٠٦﴾

106. Twebwe Allah ntiduhindura Aayah canke ngo Tuyibagize burundu ntibe igisomwa, kiretse ko Duca Tuyisubiriza iyindi Aayah ifitiye abantu akamaro kurusha, canke Tukayisubiriza iyindi nkayo ibafitiye akamaro n'indishi nyinshi. Muvugishwamana! Mbega nturamenya wewe n'abo warungitsweko ko Imana Allah ari Mushoboravyose!

أَلَمْ تَعْلَمْ أَنَّ ٱللَّهَ لَهُۥ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِۖ وَمَا لَكُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ مِن وَلِىٍّ وَلَا نَصِيرٍ ﴿١٠٧﴾

107. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye wewe n'abo warungitsweko ko Imana Allah ari Nyenubwami, Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo, Ikora ivyo Ishatse ku neza y'ibiremwa! Bantu mugabitanya ku Mana Allah! Nimumenye ko ata n'umwe mworonka atari Imana Allah yobahagarikira akabatunganiriza ivyanyu, eka mbere nta n'uwobatabara akabakingira ibihano vyayo.

أَمْ تُرِيدُونَ أَن تَسْـَٔلُواْ رَسُولَكُمْ كَمَا سُئِلَ مُوسَىٰ مِن قَبْلُۗ وَمَن يَتَبَدَّلِ ٱلْكُفْرَ بِٱلْإِيمَٰنِ فَقَدْ ضَلَّ سَوَآءَ ٱلسَّبِيلِ ﴿١٠٨﴾

108. Bantu! Ahubwo mushaka gusaba Intumwa yanyu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ibintu vy'amananiza ku kagagazo gusa, nk'uko Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yasabwe ibintu vy'amananiza aho hambere, ngo twereke Imana Allah ukuri kwamye. Nimumenye rero ko uwiguze ubugarariji ha kwemera, ni ukuri aba yahuvye inzira igororotse uguhuba nya guhuba.

وَدَّ كَثِيرٌ مِّنْ أَهْلِ ٱلْكِتَٰبِ لَوْ يَرُدُّونَكُم مِّنۢ بَعْدِ إِيمَٰنِكُمْ كُفَّارًا حَسَدًا مِّنْ عِندِ أَنفُسِهِم مِّنۢ بَعْدِ مَا تَبَيَّنَ لَهُمُ ٱلْحَقُّۖ

109. Bemeramana! Ku kubera ishari abenshi mu bahawe Igitabu babafitiye, bipfuza ko bobagarura mu bahakanyi mukava mu bwislamu inyuma y'ukwemera kwanyu, ivyo bakavyipfuza inyuma y'aho ukuri kubatomokeye ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari Intumwa y'Imana vy'ukuri. Kubera ivyo rero,

فَٱعۡفُواْ وَٱصۡفَحُواْ حَتَّىٰ يَأۡتِيَ ٱللَّهُ بِأَمۡرِهِۦٓۗ إِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٞ ١٠٩

nimubaharire kw'ibana ribi ryabo, mubababarire, munabirengagize mu kurindira ko Imana Allah Izana itegeko ryayo ribarekurira guhangana na bo ku rugamba, kugira ibahanire ibibi bakora. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Mushoboravyose;

وَأَقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتُواْ ٱلزَّكَوٰةَۚ وَمَا تُقَدِّمُواْ لِأَنفُسِكُم مِّنۡ خَيۡرٖ تَجِدُوهُ عِندَ ٱللَّهِۗ إِنَّ ٱللَّهَ بِمَا تَعۡمَلُونَ بَصِيرٞ ١١٠

110. Mwongere mutsimbataze isengesho rikwije ibisabwa ku mwanya waryo, munatange n'ishikanwa-bwirizwa. Mumenye kandi n'uko iciza cose mukora ku neza yanyu, muzosanga indishi yaco ku Mana Allah ku musi w'impera. Mu vy'ukuri rero, Imana Allah Irabona neza ivyo mukora, ni Nyenukubona.

وَقَالُواْ لَن يَدۡخُلَ ٱلۡجَنَّةَ إِلَّا مَن كَانَ هُودًا أَوۡ نَصَٰرَىٰۗ تِلۡكَ أَمَانِيُّهُمۡۗ قُلۡ هَاتُواْ بُرۡهَٰنَكُمۡ إِن كُنتُمۡ صَٰدِقِينَ ١١١

111. Abayahudi n'abanaswara bavuze ngo nta wuzokwinjira mu Bwami bw'ijuru kiretse uwabaye Umuyahudi canke umunaswara. Ivyo ni ivyipfuzo vyabo bitagira ishimikiro namba. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Enda rero nimuzane icemezo canyu ku vyo muvuga nimwaba muri imvugakuri".

بَلَىٰ مَنۡ أَسۡلَمَ وَجۡهَهُۥ لِلَّهِ وَهُوَ مُحۡسِنٞ فَلَهُۥٓ أَجۡرُهُۥ عِندَ رَبِّهِۦ وَلَا خَوۡفٌ عَلَيۡهِمۡ وَلَا هُمۡ يَحۡزَنُونَ ١١٢

112. Si nk'uko biyumvira rero, ahubwo abazokwinjira mu Bwami bw'ijuru, ni barya bose bazokwicisha bugufi bakeza n'ivyo bakora ku bw'Imana Allah, maze bagakurikira Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Abo rero indishi yabo y'Ubwami bw'ijuru bazoyisanga ku Mana yabo Rurema Allah, kandi nta bwoba kuri bo bwo guhanwa, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu ku vyo basize kw'isi.

وَقَالَتِ ٱلۡيَهُودُ لَيۡسَتِ ٱلنَّصَٰرَىٰ عَلَىٰ شَيۡءٖ وَقَالَتِ ٱلنَّصَٰرَىٰ لَيۡسَتِ ٱلۡيَهُودُ عَلَىٰ شَيۡءٖ وَهُمۡ يَتۡلُونَ ٱلۡكِتَٰبَۗ كَذَٰلِكَ قَالَ ٱلَّذِينَ لَا يَعۡلَمُونَ مِثۡلَ قَوۡلِهِمۡۚ فَٱللَّهُ يَحۡكُمُ بَيۡنَهُمۡ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ فِيمَا كَانُواْ فِيهِ يَخۡتَلِفُونَ ١١٣

113. Abayahudi n'abanaswara baratanyeko umwikomo, Abayahudi bati: "Abanaswara nta kuri barimwo". Abanaswara na bo bati: "Abayahudi nta kuri barimwo". Kandi umugwi wose muri bo usoma Igitabu cawo ko ari ngombwa kwemera Intumwa zose. Ni nk'uko nyene abatagira ubumenyi mu babangikanyamana bavuze ko uwuri mw'idini iryo ari ryo ryose na we nyene ata kuri arimwo, kubera iryo hazana rero hagati yabo. Burya rero Imana Allah ku musi w'izuka, Izoheza Ibacire urutunganye rugaragaza ukuri hagati y'abemeramana n'abagarariji ku vyo bahora bahazanako mw'idini, maze Ihembere umugwi wose ibikwiranye n'ivyo wakoze.

وَمَنۡ أَظۡلَمُ مِمَّن مَّنَعَ مَسَٰجِدَ ٱللَّهِ أَن يُذۡكَرَ فِيهَا ٱسۡمُهُۥ وَسَعَىٰ فِي خَرَابِهَآۚ أُوْلَٰٓئِكَ مَا كَانَ لَهُمۡ أَن يَدۡخُلُوهَآ إِلَّا خَآئِفِينَۚ لَهُمۡ فِي ٱلدُّنۡيَا خِزۡيٞ وَلَهُمۡ فِي ٱلۡأٓخِرَةِ عَذَابٌ عَظِيمٞ ١١٤

114. Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwubuza ko haninahazwa izina ry'Imana Allah mu gusoma Qor'ani no gusengera mu misigiti yayo, akagira uko ashoboye kwose mu kuyisenyura; mu kuyugara canke kubuza abemeramana kuyisengeramwo. Abo rero ntibari kuyinjira kiretse mu gihe batekewe n'ubwoba ku gutinya guhanwa n'Imana Allah. Baragenewe igihano co

gusuzugurika kw'isi, kandi bategekanirijwe n'ibihano bihambaye mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَلِلَّهِ ٱلْمَشْرِقُ وَٱلْمَغْرِبُ ۚ فَأَيْنَمَا تُوَلُّوا۟ فَثَمَّ وَجْهُ ٱللَّهِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ وَٰسِعٌ عَلِيمٌ ﴿١١٥﴾

115. Imana Allah ni Yo Igaba Ikaganza ubuseruko n'uburengero n'ibiri hagati yavyo. Aho ari ho hose mutumbereye kw'itegeko ry'Imana Allah mu gusenga, haba ari bwo butumbero bushimishije Imana Allah. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyeningabirano-ntangere, Nyenubumenyikurivyose.

وَقَالُوا۟ ٱتَّخَذَ ٱللَّهُ وَلَدًا ۗ سُبْحَٰنَهُۥ ۖ بَل لَّهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۖ كُلٌّ لَّهُۥ قَٰنِتُونَ ﴿١١٦﴾

116. Abayahudi, abanaswara hamwe n'ababangikanyamana barakanagaye bavuga bati: "Imana Allah Yarigeneye umwana[1]!". Nininahazwe, ntikitirirwe umwana! Ahubwo ibiri mu majuru no mw'isi vyose ni ibiremwa vyayo, ni Yo Mugabe wavyo, kandi vyose vyicisha bugufi imbere yayo;

بَدِيعُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۖ وَإِذَا قَضَىٰٓ أَمْرًا فَإِنَّمَا يَقُولُ لَهُۥ كُن فَيَكُونُ ﴿١١٧﴾

117. Ni Yo Muremyi w'amajuru n'isi, n'iyo Ishatse gutegeka ko ikintu ico ari co cose kiba, Ikibwira gusa Iti: "Ba", kigaca kiba ubwo nyene.

وَقَالَ ٱلَّذِينَ لَا يَعْلَمُونَ لَوْلَا يُكَلِّمُنَا ٱللَّهُ أَوْ تَأْتِينَآ ءَايَةٌ ۗ كَذَٰلِكَ قَالَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِم مِّثْلَ قَوْلِهِمْ ۘ تَشَٰبَهَتْ قُلُوبُهُمْ ۗ قَدْ بَيَّنَّا ٱلْءَايَٰتِ لِقَوْمٍ يُوقِنُونَ ﴿١١٨﴾

118. Abatagira ubumenyi mu bahawe Igitabu no mu babangikanyamana babwiye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku kagagazo, bati: "Ese Imana Allah iyo Ipfuma Ituvugisha Ikatubwira ko wewe uri Intumwa yayo, canke tukaronka igitangaro gifadika kivyemeza!". Ni nk'uko nyene rero n'abagarariji b'aho hambere babwiye Intumwa barungikiwe kuko imitima yabo bose isusa mu buhakanyi. Mu vy'ukuri, Twaramaze gutomorera neza abemera ata gukekeranya, Aayah n'ivyemezo vyerekana ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari Intumwa y'Imana.

إِنَّآ أَرْسَلْنَٰكَ بِٱلْحَقِّ بَشِيرًا وَنَذِيرًا ۖ وَلَا تُسْـَٔلُ عَنْ أَصْحَٰبِ ٱلْجَحِيمِ ﴿١١٩﴾

119. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, Twakurungikanye idini ry'ukuri kugira ushikirize inkuru nziza ihumuriza abemeramana ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru, wongere ugabishe abagarariji ku bihano vy'umuriro bibarindiriye. Kandi rero inyuma y'iryo rarikiramana, nta co uzobazwa ku bantu bo mu muriro ururumba.

وَلَن تَرْضَىٰ عَنكَ ٱلْيَهُودُ وَلَا ٱلنَّصَٰرَىٰ حَتَّىٰ تَتَّبِعَ مِلَّتَهُمْ ۗ قُلْ إِنَّ هُدَى ٱللَّهِ هُوَ ٱلْهُدَىٰ ۗ وَلَئِنِ ٱتَّبَعْتَ أَهْوَآءَهُم بَعْدَ ٱلَّذِى جَآءَكَ مِنَ ٱلْعِلْمِ ۙ مَا لَكَ مِنَ ٱللَّهِ مِن وَلِىٍّ وَلَا نَصِيرٍ ﴿١٢٠﴾

120. Ntumwa y'Imana! Abayahudi n'abanaswara ntibazokwigera bakwishimira namba, kiretse hamwe wokurikira idini ryabo ukavavanura n'idini ryawe ry'ubwislamu. Babwire uti: "Uburongozi bw'Imana Allah muri Qor'ani ni bwo burongozi bw'idini ry'ukuri". Niwahirahira rero ugakurikira ivyipfuzo vyabo kandi waramaze guhishurirwa Qor'ani, nta muhagarikizi n'umwe

[1] Abayahudi bavuga bati: "Uzayiri ni umwana w'Imana". Abanaswara na bo bati: "Masihi Isa mwene Mariyamu, ni umwana w'Imana". Ababangikanyamana na bo bati: "Abamalayika, ni abakobwa b'Imana Allah".

uzoronka agukura mu bihano vy'Imana Allah, eka mbere nta n'uwogutabara mu kugukingira nya bihano uzoronka[1].

121. Abayahudi n'abanaswara Twahaye Igitabu bakagisoma ukuri kwo kugisoma, bakagikurikiza uko bitegetswe ata co bahinduye mu kwemera Intumwa zose, ata n'ico bongeyemwo, abo ni bo bemera vy'ukuri Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bakemera n'ivyo yahishuriwe. Nayo abahindagura canke bakanyegeza ibiri muri nya Gitabu, abo ni bo bagarariza iyo Ntumwa hamwe n'ivyo yahishuriwe. Abo rero ni bo bahomvye ubuzima bwabo bwo kw'isi n'ubw'inyuma yo gupfa.

ٱلَّذِينَ ءَاتَيۡنَٰهُمُ ٱلۡكِتَٰبَ يَتۡلُونَهُۥ حَقَّ تِلَاوَتِهِۦٓ أُوْلَٰٓئِكَ يُؤۡمِنُونَ بِهِۦۗ وَمَن يَكۡفُرۡ بِهِۦ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡخَٰسِرُونَ ١٢١

122. Emwe Bene Israyeli! Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mushime, mwongere mwibuke ko mu gihe canyu Nabateye iteka gusumba abandi, mu kurungikwa muri mwebwe Abavugishwamana benshi no guhabwa Ibitabu vya Tawurati n'Injili;

يَٰبَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ ٱذۡكُرُواْ نِعۡمَتِيَ ٱلَّتِيٓ أَنۡعَمۡتُ عَلَيۡكُمۡ وَأَنِّي فَضَّلۡتُكُمۡ عَلَى ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٢٢

123. Maze mwikingire ibihano vyo ku musi w'izurwa ry'ibiremwa, aho umuntu ata co azomarira uwundi, nta n'ico kwigomboza mu bihano azokwemererwa gutanga, n'aho yotanga amatungo y'isi yose, eka mbere nta n'ivugirwa rizogira ico rimumariye, eka mbere bobo ntibazoronka n'uwubatabara ngo abakure mu bihano.

وَٱتَّقُواْ يَوۡمٗا لَّا تَجۡزِي نَفۡسٌ عَن نَّفۡسٖ شَيۡـٔٗا وَلَا يُقۡبَلُ مِنۡهَا عَدۡلٞ وَلَا تَنفَعُهَا شَفَٰعَةٞ وَلَا هُمۡ يُنصَرُونَ ١٢٣

124. Muvugishwamana! Ibuka igihe Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yageragezwa n'Imana yiwe Rurema Allah, Ikamuha amabwirizwa, maze na we arayubahiriza vy'ukuri nk'uko yayahawe. Ni ho rero Imana Yamubwira Iti: "Ngira Ndakugire indongozi y'akarorero ku bantu bose mu kwemera". Na we aca asaba ati: "No mu ruvyaro rwanje nyene Uragiramwo indongozi". Imana Allah Imwishura Iti: "Iri sezerano ryanje ryo kuba indongozi mu kwemera, ntirizoshikira abirenganya".

۞وَإِذِ ٱبۡتَلَىٰٓ إِبۡرَٰهِـۧمَ رَبُّهُۥ بِكَلِمَٰتٖ فَأَتَمَّهُنَّۖ قَالَ إِنِّي جَاعِلُكَ لِلنَّاسِ إِمَامٗاۖ قَالَ وَمِن ذُرِّيَّتِيۖ قَالَ لَا يَنَالُ عَهۡدِي ٱلظَّٰلِمِينَ ١٢٤

125. Muvugishwamana! Ibuka n'igihe Twagira ingoro ntagatifu "Al-Ka'ba" ahantu abantu bahurumbira ata kudebukirwa, barondera indishi mu gihe c'ishengerera n'igendera ry'iyo ngoro, batekanye batekaniwe. Maze Tubabwiriza Duti: "Muragira rero ubuhagararo bw'Intumwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) aho gusengera". Twaranahishuriye Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), maze Tumutegeka we hamwe n'umuhungu wiwe Ismayili Duti: "Nimusukure ingoro yanje ntagatifu ntirangwemwo n'igihumanya na kimwe, ubukozi bw'ikibi n'ibigirwamana, kugira ngo hakikurwe n'abakikura,

وَإِذۡ جَعَلۡنَا ٱلۡبَيۡتَ مَثَابَةٗ لِّلنَّاسِ وَأَمۡنٗاۖ وَٱتَّخِذُواْ مِن مَّقَامِ إِبۡرَٰهِـۧمَ مُصَلّٗىۖ وَعَهِدۡنَآ إِلَىٰٓ إِبۡرَٰهِـۧمَ وَإِسۡمَٰعِيلَ أَن طَهِّرَا بَيۡتِيَ لِلطَّآئِفِينَ وَٱلۡعَٰكِفِينَ وَٱلرُّكَّعِ ٱلسُّجُودِ ١٢٥

[1] Iyi ngingo n'aho yavuzwe itumberejwe ku Ntumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imama Allah), iraba n'abo yarungitsweko.

abaje kwiyegurira Imana Allah, hamwe rero n'abasenga bunama bubama".

وَإِذْ قَالَ إِبْرَٰهِـۧمُ رَبِّ ٱجْعَلْ هَٰذَا بَلَدًا ءَامِنًا وَٱرْزُقْ أَهْلَهُۥ مِنَ ٱلثَّمَرَٰتِ مَنْ ءَامَنَ مِنْهُم بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ ۖ قَالَ وَمَن كَفَرَ فَأُمَتِّعُهُۥ قَلِيلًا ثُمَّ أَضْطَرُّهُۥٓ إِلَىٰ عَذَابِ ٱلنَّارِ ۖ وَبِئْسَ ٱلْمَصِيرُ ﴿١٢٦﴾

126. Niwibuke kandi igihe Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yavuga asaba ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye Ugire Makka igisagara gitekanye gitekaniwe, Wongere Uhe bene co ivyamwa bitandukanye, na canecane abemera gusa muri bo, Imana Allah n'umusi w'imperuka". Maze Imana Allah Iramwishura Iti: "N'uwuzogarariza muri bo Nzomuhako, maze Ndamuhe kuryoherwa gato kw'isi, hanyuma Ndamukwegere mu bihano vy'umuriro. Ayo rero, ni yo maherezo mabi cane.

وَإِذْ يَرْفَعُ إِبْرَٰهِـۧمُ ٱلْقَوَاعِدَ مِنَ ٱلْبَيْتِ وَإِسْمَٰعِيلُ رَبَّنَا تَقَبَّلْ مِنَّآ ۖ إِنَّكَ أَنتَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْعَلِيمُ ﴿١٢٧﴾

127. Ibuka n'igihe Ibrahimu na Ismayili (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah) baduza inkingi z'ingoro ntagatifu "Al-Ka'ba" bariko batakamba bati: "Mana yacu Rurema Allah! Twakirire iki gikorwa n'igisabisho cacu. Mu vy'ukuri, ni Wewe rero Nyenukwumva, Urumva ivyo tuvuga, Nyenubumenyikurivyose, Urazi n'ivyo duhisha mu mishaha;

رَبَّنَا وَٱجْعَلْنَا مُسْلِمَيْنِ لَكَ وَمِن ذُرِّيَّتِنَآ أُمَّةً مُّسْلِمَةً لَّكَ وَأَرِنَا مَنَاسِكَنَا وَتُبْ عَلَيْنَآ ۖ إِنَّكَ أَنتَ ٱلتَّوَّابُ ٱلرَّحِيمُ ﴿١٢٨﴾

128. Mana yacu Rurema Allah! Tugire abislamu bicisha bugufi imbere yawe, no mu ruvyaro rwacu Ugire umugwi wicisha bugufi, ukugamburukira, Utwereke imigirwa yacu n'aho itegetswe mu gihe co gushengerera ingoro yawe ntagatifu, Wongere Utubabarire. Mu vy'ukuri, Wewe Urumvira abatakamba mu biremwa, Uri Nyenimbabazi ku batoni bawe;

رَبَّنَا وَٱبْعَثْ فِيهِمْ رَسُولًا مِّنْهُمْ يَتْلُوا۟ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتِكَ وَيُعَلِّمُهُمُ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحِكْمَةَ وَيُزَكِّيهِمْ ۚ إِنَّكَ أَنتَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿١٢٩﴾

129. Mana yacu Rurema Allah! Urarungika muri bo Intumwa ivuye mu ruvyaro rwa Ismayili, ibasomera Aayah zawe ikongera ikabigisha Igitabu ca Qor'ani n'imigenzo yayo "Sunnah", inabeze ivyaha vy'ibangikanyamana n'ingeso mbi zose. Mu vy'ukuri, ni na Wewe rero Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ukora".

وَمَن يَرْغَبُ عَن مِّلَّةِ إِبْرَٰهِـۧمَ إِلَّا مَن سَفِهَ نَفْسَهُۥ ۚ وَلَقَدِ ٱصْطَفَيْنَٰهُ فِى ٱلدُّنْيَا ۖ وَإِنَّهُۥ فِى ٱلْءَاخِرَةِ لَمِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿١٣٠﴾

130. Nta wirengagiza rero idini rya Ibrahimu ry'ubwislamu rishingiye ku kwemera-ndemanwa kiretse ikijuju kitiyizi ico kiri. Ni ukuri Twaratoye Ibrahimu kuba Umuvugishwamana akongera akaba n'Intumwa kw'isi, kandi mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni ukuri azoba ari mu beranda bubashwe;

إِذْ قَالَ لَهُۥ رَبُّهُۥٓ أَسْلِمْ ۖ قَالَ أَسْلَمْتُ لِرَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿١٣١﴾

131. Ivyo bigaterwa n'ubugamburutsi bwiwe igihe Imana yiwe Rurema Allah Yamubwira Iti: "Tsimbatara kw'idini ry'ubwislamu"; na we akishura ati: "Naramaze kuba umwislamu nicisha bugufi mu gusenga Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose".

132. Ni iryo ragi rero Ibrahimu yaraze abana biwe ko botsimbatara ku bwislamu, rikaba ari na ryo ragi nyene Yakubu batazira Israyeli yaraze uruvyaro rwiwe ati: “Bane banje! Mu vy’ukuri, Imana Allah Yarabahitiyemwo idini ry’ubwislamu, muraritsimbatarako mu buzima bwanyu bwose, ntimuzopfe mutari abislamu”.

وَوَصَّىٰ بِهَآ إِبۡرَٰهِـۧمُ بَنِيهِ وَيَعۡقُوبُ يَٰبَنِيَّ إِنَّ ٱللَّهَ ٱصۡطَفَىٰ لَكُمُ ٱلدِّينَ فَلَا تَمُوتُنَّ إِلَّا وَأَنتُم مُّسۡلِمُونَ ١٣٢

133. Mbega mwa Bayahudi mwe! Mwoba mwari ivyabona igihe Yakubu yari ku mpfiro, igihe yegeranya abana biwe maze akabaraga ababaza ati: “Mbega bane banje, mu nyuma zanje muzosenga iki?”, maze na bo barishura bati: “Tuzosenga Imana yawe, Ikaba ari na Yo Mana y’abavyeyi bawe: Ibrahimu, Ismayili na Is-haka; Imana Imwe Rudende, kandi twebwe kuri Yo turi abislamu twicisha bugufi mu kuyisenga tutayibangikanya”.

أَمۡ كُنتُمۡ شُهَدَآءَ إِذۡ حَضَرَ يَعۡقُوبَ ٱلۡمَوۡتُ إِذۡ قَالَ لِبَنِيهِ مَا تَعۡبُدُونَ مِنۢ بَعۡدِي قَالُواْ نَعۡبُدُ إِلَٰهَكَ وَإِلَٰهَ ءَابَآئِكَ إِبۡرَٰهِـۧمَ وَإِسۡمَٰعِيلَ وَإِسۡحَٰقَ إِلَٰهٗا وَٰحِدٗا وَنَحۡنُ لَهُۥ مُسۡلِمُونَ ١٣٣

134. Uwo rero ni umugwi w’abakurambere banyu mu kwemera bamaze kurengana, bafise ivyiza barondeye, na mwe nyene mufise ivyiza canke ibibi mwarondeye, kandi ntimuzobazwa ku bikorwa bari barakoze, eka mbere na bo nyene ntibazobazwa ku bikorwa mwakoze[1].

تِلۡكَ أُمَّةٞ قَدۡ خَلَتۡۖ لَهَا مَا كَسَبَتۡ وَلَكُم مَّا كَسَبۡتُمۡۖ وَلَا تُسۡـَٔلُونَ عَمَّا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ١٣٤

135. Abayahudi n’abanaswara na bo babwiye abislamu bati: “Nimuje mw’idini ry’ubuyahudi canke ry’ubunaswara, muzoba mukurikiye ukuri n’uburongozi bwiza”. Ntumwa y’Imana! Babwire uti: “Ahubwo nyabuna, ukuri n’uburongozi bwiza, ni idini rya Ibrahimu ry’ubwislamu rishingiye ku kwemera-ndemanwa, yasenga Imana Imwe Rudende Allah, kira noneho ntiyari no mu babangikanyamana”.

وَقَالُواْ كُونُواْ هُودًا أَوۡ نَصَٰرَىٰ تَهۡتَدُواْۗ قُلۡ بَلۡ مِلَّةَ إِبۡرَٰهِـۧمَ حَنِيفٗاۖ وَمَا كَانَ مِنَ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ١٣٥

136. Bislamu! Nimwishure abayahudi n’abanaswara muvuge muti: “Twaremeye Imana Imwe Rudende Allah, Qor’ani Yatumanuriye ihishuriwe Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah); twaremeye n’ivyo Yamanuriye Intumwa zayo: Ibrahimu, Ismayili, Is-haka, Yakubu n’Intumwa zarungitswe mu ruvyaro rwiwe; twaremeye na Tawurati yahawe Intumwa Musa, Injili yahawe Intumwa Isa mwene Mariyamu, hamwe rero n’ivyahawe Abavugishwamana bose bivuye ku Mana yabo Rurema Allah. Ntituvangura namba rero hagati yabo ngo twemere uyu duhakane uriya, tubemera bose. Kandi rero twebwe ku Mana Allah turi abislamu

قُولُوٓاْ ءَامَنَّا بِٱللَّهِ وَمَآ أُنزِلَ إِلَيۡنَا وَمَآ أُنزِلَ إِلَىٰٓ إِبۡرَٰهِـۧمَ وَإِسۡمَٰعِيلَ وَإِسۡحَٰقَ وَيَعۡقُوبَ وَٱلۡأَسۡبَاطِ وَمَآ أُوتِيَ مُوسَىٰ وَعِيسَىٰ وَمَآ أُوتِيَ ٱلنَّبِيُّونَ مِن رَّبِّهِمۡ لَا نُفَرِّقُ بَيۡنَ أَحَدٖ مِّنۡهُمۡ وَنَحۡنُ لَهُۥ مُسۡلِمُونَ ١٣٦

[1] Iyi Aayah, irerekana ko imbere y’Imana Allah ata kwitwaza ubuvandimwe canke ubwoko, n’uko umwe wese mu biremwa azobazwa ivyo yakoze canke yagizemwo uruhara ku gatwe kiwe, n’uko kandi ukwemera kurimwo agakiza, ari ukwemera Imana Imwe Rudende Allah n’Intumwa zayo zose, hamwe rero no kuzikurikira. Uwuhakanye rero Intumwa imwe muri zo, afatwa nk’uwuhakanye Intumwa zose.

twicisha bugufi mu kuyiyegereza mu vyo dukora vyose tukayisenga tutayibangikanya”.

فَإِنْ ءَامَنُواْ بِمِثْلِ مَآ ءَامَنتُم بِهِۦ فَقَدِ ٱهْتَدَواْ ۖ وَّإِن تَوَلَّوْاْ فَإِنَّمَا هُمْ فِى شِقَاقٍ ۖ فَسَيَكْفِيكَهُمُ ٱللَّهُ ۚ وَهُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْعَلِيمُ ﴿١٣٧﴾

137. Abahawe Igitabu rero hamwe n’abandi bagarariji bose, nibemera nk’ivyo mwemeye vyose, bazoba batumbereye inzira y’ukuri kuzima. Nibagenza umugongo bakirengagiza naho, ni ukuri bazoba bari mu nzira y’urwanko iciye kubiri n’ukuri. Kubera ivyo rero, Imana Allah Izogukingira inabi yabo. Ni na Yo rero Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga, Nyenubumenyikurivyose, Irazi ivyo muhisha mu mishaha yanyu.

صِبْغَةَ ٱللَّهِ ۖ وَمَنْ أَحْسَنُ مِنَ ٱللَّهِ صِبْغَةً ۖ وَنَحْنُ لَهُۥ عَٰبِدُونَ ﴿١٣٨﴾

138. Nimutsimbatare rero kw’idini ry’ubwislamu, ukwemera-ndemanwa kuvuye ku Mana Allah, nta kwemera-ndemanwa rero kwoza gusumba ukwemera ndemanwa Imana Allah Yaremanye abantu. Nimuvyemange rero maze muvuge muti: “Twebwe Iyo Mana Allah ni Yo twiyegereza mu vyo dukora vyose tukanayisenga mu gukurikira idini rya Ibrahimu ry’ubwislamu”.

قُلْ أَتُحَآجُّونَنَا فِى ٱللَّهِ وَهُوَ رَبُّنَا وَرَبُّكُمْ ۖ وَلَنَآ أَعْمَٰلُنَا وَلَكُمْ أَعْمَٰلُكُمْ ۖ وَنَحْنُ لَهُۥ مُخْلِصُونَ ﴿١٣٩﴾

139. Ntumwa y’Imana! Bwira abahawe Igitabu uti: “Mbega muduhaririza ku vyerekeye isengwa ry’Imana Imwe Rudende Allah kandi ari Yo Mana yacu Ikaba ari na Yo Mana yanyu Rurema, Umubungabunzi w’ibiremwa vyose! Dufise ibikorwa dukora tuzohemberwa, na mwe mukagira ibikorwa mukora muzohemberwa, kandi twebwe rero tuyisenga tutayibangikanya na kimwe mu biremwa”.

أَمْ تَقُولُونَ إِنَّ إِبْرَٰهِـۧمَ وَإِسْمَٰعِيلَ وَإِسْحَٰقَ وَيَعْقُوبَ وَٱلْأَسْبَاطَ كَانُواْ هُودًا أَوْ نَصَٰرَىٰ ۗ قُلْ ءَأَنتُمْ أَعْلَمُ أَمِ ٱللَّهُ ۗ وَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّن كَتَمَ شَهَٰدَةً عِندَهُۥ مِنَ ٱللَّهِ ۗ وَمَا ٱللَّهُ بِغَٰفِلٍ عَمَّا تَعْمَلُونَ ﴿١٤٠﴾

140. Ahubwo rero, burya muhaririza abislamu ku vyerekeye isengwa ry’Imana Imwe Rudende Allah, muvuga ko Ibrahimu, Ismayili, Is-haka, Yakubu hamwe n’Intumwa zarungitswe mu ruvyaro rwiwe, bari mw’idini ry’abayahudi canke ry’abanaswara, mu gihe abo bose babayeho bagapfa imbere y’irungikwa rya Musa na Isa mwene Mariyamu, bahawe Tawurati n’Injili! Ntumwa y’Imana! Babaze ubabwire uti: “Mbega none, ni mwebwe mwoba muzi idini ryabo kurusha Imana Allah Yabarungitse, Igahishura muri Qor’ani ko bari abislamu, bicisha bugufi mu kuyisenga batayibangikanya! Nta n’umwe rero yirenganya akimonogoza kubasumba ku kunyegeza ivyemezo mufise bivuye ku Mana Allah vyemeza ko izo Ntumwa zose zari abislamu! Burya rero Imana Allah ntiyirengagije ivyo mukora, Izobibahembera.

تِلْكَ أُمَّةٌ قَدْ خَلَتْ ۖ لَهَا مَا كَسَبَتْ وَلَكُم مَّا كَسَبْتُمْ ۖ وَلَا تُسْـَٔلُونَ عَمَّا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١٤١﴾

141. Uwo rero ni umugwi w'abakurambere banyu mu kwemera bamaze kurengana, bafise ivyiza barondeye, na mwe nyene mufise ivyiza canke ibibi mwarondeye, kandi ntimuzobazwa ku bikorwa bari barakoze, eka mbere na bo nyene ntibazobazwa ku bikorwa mwakoze[1].

سَيَقُولُ ٱلسُّفَهَآءُ مِنَ ٱلنَّاسِ مَا وَلَّىٰهُمْ عَن قِبْلَتِهِمُ ٱلَّتِى كَانُوا۟ عَلَيْهَا ۚ قُل لِّلَّهِ ٱلْمَشْرِقُ وَٱلْمَغْرِبُ ۚ يَهْدِى مَن يَشَآءُ إِلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿١٤٢﴾

142. Ibijuju mu bayahudi n'ibitazi bimeze nkabo, bizovuga n'agasuzuguro biti: "Ni igiki catumye abislamu bahindura ubutumbero bwa "Bayti l-Maqdis[2]", bahora berekezako mu gusenga?". Ntumwa y'Imana! Bibwire uti: "Ubuseruko n'uburengero n'ibiri hagati yabwo, vyose ni ivy'Imana Allah, aho dutumbera hose rero tuba twubahiriza ibwirizwa ry'Imana Allah. Irongora mu baja bayo uwo Ishatse mu nzira yayo igororotse".

وَكَذَٰلِكَ جَعَلْنَٰكُمْ أُمَّةً وَسَطًا لِّتَكُونُوا۟ شُهَدَآءَ عَلَى ٱلنَّاسِ وَيَكُونَ ٱلرَّسُولُ عَلَيْكُمْ شَهِيدًا ۗ وَمَا جَعَلْنَا ٱلْقِبْلَةَ ٱلَّتِى كُنتَ عَلَيْهَآ إِلَّا لِنَعْلَمَ مَن يَتَّبِعُ ٱلرَّسُولَ مِمَّن يَنقَلِبُ عَلَىٰ عَقِبَيْهِ ۚ وَإِن كَانَتْ لَكَبِيرَةً إِلَّا عَلَى ٱلَّذِينَ هَدَى ٱللَّهُ ۗ وَمَا كَانَ ٱللَّهُ لِيُضِيعَ إِيمَٰنَكُمْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ بِٱلنَّاسِ لَرَءُوفٌ رَّحِيمٌ ﴿١٤٣﴾

143. Bislamu! Ni nk'uko nyene rero Twabarongoye mw'idini ry'ubwislamu, Twabagize intore n'intungane mu bantu, kugira ngo mube ivyabona ku bantu bose ku musi w'izuka ko Intumwa z'Imana zashikirije ubutumwa; no kugira rero Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) na yo, izobe icabona kuri mwebwe ko yabashikaniye ubutumwa. Ntumwa y'Imana! Ubutumbero bwa Bayti l-Maqdis wahora werekezako mu gusenga, ntitwabuhinduye ngo Tugutumbereze Al-Ka'ba, atari ukugira hamenyekane ku vyo Dusanzwe Tuzi, uwumvira agakurikira Intumwa, hamwe rero n'uwutayumvira akagenza umugongo mu kwemera. Ukwo guhindura ubutumbero mu gusenga, ni ukuri ni ikintu kiremereye kigoye kwumva kiretse kuri barya Imana Allah Yarongoye mu nzira y'ukwemera n'iy'igamburukiramana. Kandi rero Imana Allah ntiyari kugira impfagusa ukwemera kwanyu ngo ntibemerere amasengesho yanyu mwasenze mugitumbera Bayti l-Maqdis. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenikigongwe, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

---

[1] Iyi Aayah, irerekana ko imbere y'Imana Allah ata kwitwaza ubuvandimwe canke ubwoko, n'uko umwe wese mu biremwa azobazwa ivyo yakoze canke yagizemwo uruhara ku gatwe kiwe, n'uko kandi ukwemera kurimwo agakiza, ari ukwemera Imana Imwe Rudende Allah n'Intumwa zayo zose, hamwe rero no kuzikurikira. Uwuhakanye rero Intumwa imwe muri zo, afatwa nk'uwuhakanye Intumwa zose.

[2] Bayti l-Maqdis ivugwa ng'aha, ni umusigiti mweranda wa mbere wubatswe muri Palestina. Bivugwa ko woba wubatswe n'abamalayika, canke ko wubatswe na Nuhu canke uruvyaro rwiwe, ukaba wagiye urasanurwa n'Intumwa z'Imana zakurikiye mu nyuma; nka Dawudi, Sulayimani, n'izindi. Ni wo musigiti uza ubwa kabiri mu misigiti yubashwe isabwa kugenderwa mu bwislamu, havuye umusigiti w'i Makka n'umusigiti wubatswe n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) i Madina. Ni muri uwo musigiti nyene Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yareruwe ijanwa mw'ijuru mw'ijoro ryiswe "ijoro ry'iduzwa ry'Intumwa mw'ijuru". Ni bwo butumbero bwa mbere rero, abislamu bahora berekezako mu gusenga imbere yuko babwirizwa kwerekeza i Makka.

قَدْ نَرَىٰ تَقَلُّبَ وَجْهِكَ فِي ٱلسَّمَآءِۖ فَلَنُوَلِّيَنَّكَ قِبْلَةً تَرْضَىٰهَاۚ فَوَلِّ وَجْهَكَ شَطْرَ ٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِۚ وَحَيْثُ مَا كُنتُمْ فَوَلُّوا۟ وُجُوهَكُمْ شَطْرَهُۥۗ وَإِنَّ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ لَيَعْلَمُونَ أَنَّهُ ٱلْحَقُّ مِن رَّبِّهِمْۗ وَمَا ٱللَّهُ بِغَٰفِلٍ عَمَّا يَعْمَلُونَ ﴿١٤٤﴾

144. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, Twarabona uko waguma urangamiza hejuru urindiriye itegeko ryohishurwa rigutumbereza amaja i Makka. Ni ukuri rero, Tuzokwerekeza ubutumbero buguhimbara, ushime. Kuva ubu rero, tumbera amaja i Makka, ahari umusigiti mutagatifu, n'aho muzoba muri hose kw'isi, muratumbera aho nyene mu gusenga. Mu vy'ukuri, abahawe Igitabu barazi neza ko gutumbera amaja i Makka ari kwo kuri kuvuye ku Mana yabo Rurema Allah, burya rero Imana Allah ntiyirengagije ivyo bakora, Izobibahembera.

وَلَئِنْ أَتَيْتَ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ بِكُلِّ ءَايَةٍ مَّا تَبِعُوا۟ قِبْلَتَكَۚ وَمَآ أَنتَ بِتَابِعٍ قِبْلَتَهُمْۚ وَمَا بَعْضُهُم بِتَابِعٍ قِبْلَةَ بَعْضٍۚ وَلَئِنِ ٱتَّبَعْتَ أَهْوَآءَهُم مِّنۢ بَعْدِ مَا جَآءَكَ مِنَ ٱلْعِلْمِ إِنَّكَ إِذًا لَّمِنَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٤٥﴾

145. Ntumwa y'Imana! Abahawe Igitabu, n'aho wobazanira ivyemezo vyose vyemeza ko gutumbera amaja i Makka ari kwo kuri, kubera akagagazo ntibopfa bakurikiye ubutumbero bwawe mu gusenga. Na we ntushobora gusubira kandi ku butumbero bwabo. Eka mbere na bamwe muri bo nyene ntibakurikira ubutumbero bw'abandi mu gusenga. Ni ukuri, niwaramuka ukurikiye ivyipfuzo vyabo mu vyerekeye ubutumbero n'ibindi, inyuma y'aho ushikiriwe n'ubumenyi buvuye ku Mana Allah, mu vy'ukuri muri ico gihe, ni ukuri uzoba uri mu birenganije[1].

ٱلَّذِينَ ءَاتَيْنَٰهُمُ ٱلْكِتَٰبَ يَعْرِفُونَهُۥ كَمَا يَعْرِفُونَ أَبْنَآءَهُمْۖ وَإِنَّ فَرِيقًا مِّنْهُمْ لَيَكْتُمُونَ ٱلْحَقَّ وَهُمْ يَعْلَمُونَ ﴿١٤٦﴾

146. Abayahudi n'abanaswara Twahaye Igitabu Tawurati n'Injili, abamenyi muri bo barazi neza na neza ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana bafatiye ku bimuranga biri mu Bitabu vyabo, nka kurya bazi neza na neza abana babo. Mu vy'ukuri, muri bo harimwo umugwi unyegeza ukuri kandi ukuzi.

ٱلْحَقُّ مِن رَّبِّكَ فَلَا تَكُونَنَّ مِنَ ٱلْمُمْتَرِينَ ﴿١٤٧﴾

147. Muvugishwamana! Ivyo wahishuriwe muri Qor'ani ni kwo kuri kuvuye ku Mana yawe Rurema Allah, ntukabe rero mu bagira amakenga kuri ukwo kuri.

وَلِكُلٍّ وِجْهَةٌ هُوَ مُوَلِّيهَاۖ فَٱسْتَبِقُوا۟ ٱلْخَيْرَٰتِۚ أَيْنَ مَا تَكُونُوا۟ يَأْتِ بِكُمُ ٱللَّهُ جَمِيعًاۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿١٤٨﴾

148. Burya umugwi wose urafise ubutumbero bwawo wahawe n'Imana Allah mu gusenga. Bemeramana! Kubera ivyo rero, nimurushanwe mu kwihutira gukora ivyiza mwategetswe. Aho muzoba muri hose rero Imana Allah Izobegeranya mwese ku musi w'izuka. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Mushoboravyose.

وَمِنْ حَيْثُ خَرَجْتَ فَوَلِّ وَجْهَكَ شَطْرَ ٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِۖ وَإِنَّهُۥ لَلْحَقُّ مِن رَّبِّكَۗ وَمَا ٱللَّهُ بِغَٰفِلٍ عَمَّا تَعْمَلُونَ ﴿١٤٩﴾

149. Muvugishwamana! Aho ari ho hose uzoja mu rugendo, maze ugashaka gusenga, uratumbera amaja i Makka, ahari umusigiti mutagatifu. Ubwo butumbero ni kwo kuri kuvuye ku Mana yawe Rurema Allah. Burya rero Imana Allah ntiyirengagije ivyo mukora, Izobibahembera.

---

[1] Iyi Aayah, yega abislamu bose, ikabihaniza gukurikira ivyipfuzo vy'ababahakanyi barwanya ubwislamu.

150. Muvugishwamana! Aho ari ho hose uzoja rero mu rugendo, uratumbera amaja i Makka. Bislamu! Aho muzoba muri hose kw'isi, muratumbera amaja i Makka, kugira ngo abo mudasangiye ukwemera ntibazoronke icitwazo co kubacanishamwo ku bijanye n'ubutumbero, kiretse gusa abirenganije muri bo bazobandanya babahaririza. Kubera ivyo rero, ntimukabatinye, ahubwo murantinya Jewe Allah maze mukurikize amabwirizwa yanje, kugira Ndabakwirize inema zanje mu kubahitiramwo amabwirizwa atunganye, no kugira rero mukurikire inzira y'ukuri ibaganisha ku Mana Allah.

وَمِنْ حَيْثُ خَرَجْتَ فَوَلِّ وَجْهَكَ شَطْرَ ٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِ ۖ وَحَيْثُ مَا كُنتُمْ فَوَلُّوا۟ وُجُوهَكُمْ شَطْرَهُۥ لِئَلَّا يَكُونَ لِلنَّاسِ عَلَيْكُمْ حُجَّةٌ إِلَّا ٱلَّذِينَ ظَلَمُوا۟ مِنْهُمْ فَلَا تَخْشَوْهُمْ وَٱخْشَوْنِى وَلِأُتِمَّ نِعْمَتِى عَلَيْكُمْ وَلَعَلَّكُمْ تَهْتَدُونَ ﴿١٥٠﴾

151. Nk'uko Twabateye iteka ryo gutumbera amaja i Makka, Twarabarungikiye n'Intumwa ivuye muri mwebwe, ibasomera Aayah n'ivyemezo vyacu vyerekana ukuri n'ikinyoma, ikanabeza ivyaha vy'ibangikanyamana n'ingeso mbi zose, ikabigisha n'Igitabu ca Qor'ani n'imigenzo yayo (Sunnah), ikanabigisha ivyo mutari muzi mu nkuru z'ab'aho hambere n'Intumwa zabo.

كَمَآ أَرْسَلْنَا فِيكُمْ رَسُولًا مِّنكُمْ يَتْلُوا۟ عَلَيْكُمْ ءَايَٰتِنَا وَيُزَكِّيكُمْ وَيُعَلِّمُكُمُ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحِكْمَةَ وَيُعَلِّمُكُم مَّا لَمْ تَكُونُوا۟ تَعْلَمُونَ ﴿١٥١﴾

152. Kubera ivyo vyose rero, nimuninahaze mwongere muntazire, Nzobayaga neza Ndabahe n'indishi ibakwiye, muheze rero kandi munshimire mu mvugo n'ingiro, kandi ntimukangararize mu kwihakana inema zanje nabahaye.

فَٱذْكُرُونِىٓ أَذْكُرْكُمْ وَٱشْكُرُوا۟ لِى وَلَا تَكْفُرُونِ ﴿١٥٢﴾

153. Bemeramana! Mu gutunganya ivyanyu, nimwifashishe kwihanganira ibibagoye maze mwihangane mu gukora ivyo mwategetswe no mu kwirinda ivyo mwabujijwe, mwifashishe no gusenga isengesho rikwije ibisabwa ku mwanya waryo, kuko ari ryo ribuza umuntu gukora ivyaha rutura n'ibicumuro. Mu vy'ukuri, Imana Allah Iri kumwe n'abihangana mu kubatera intege no kubashikana ku vyo barondera.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱسْتَعِينُوا۟ بِٱلصَّبْرِ وَٱلصَّلَوٰةِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ مَعَ ٱلصَّٰبِرِينَ ﴿١٥٣﴾

154. Bemeramana! Ntimukavuge ku bishwe baharanira idini ry'Imana Allah ko bahwereye! Ahubwo bo ni bazima mu buryo bagenewe n'Imana Allah mu mva zabo, ariko rero ntimwumva ukuntu babayeho[1].

وَلَا تَقُولُوا۟ لِمَن يُقْتَلُ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ أَمْوَٰتٌۢ ۚ بَلْ أَحْيَآءٌ وَلَٰكِن لَّا تَشْعُرُونَ ﴿١٥٤﴾

155. Ni ukuri, Tuzobagerageza n'akantu gato mu kugira ubwoba, inzara (amapfa), no mu gukehanirwa n'amatungo canke kuyabura, mu kubura abanyu mu mpfu zisanzwe canke kwicwa mu guharanira idini ry'Imana Allah, mu kugabanuka canke kubura umwimbu mu biterwa mbumbarugo hamwe rero n'ivyamwa. Muvugishwamana! Shikiriza rero abihangana mu gihe c'ibiza n'amagorwa inkuru nziza ihumuriza ko bazohabwa iherezo ryiza mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa,

وَلَنَبْلُوَنَّكُم بِشَىْءٍ مِّنَ ٱلْخَوْفِ وَٱلْجُوعِ وَنَقْصٍ مِّنَ ٱلْأَمْوَٰلِ وَٱلْأَنفُسِ وَٱلثَّمَرَٰتِ ۗ وَبَشِّرِ ٱلصَّٰبِرِينَ ﴿١٥٥﴾

[1] Ubuzima babayeho mu mva zabo, Imana Allah ni Yo gusa Izi ukuntu buteye. Iyi Aayah rero, iremeza ko mu mva hariyo amahirwe ku bantu b'aberanda.

156. Barya iyo bashikiwe n'ikiza baca bavuga bati: "Mu vy'ukuri, twebwe turi abaja b'Imana Allah, ni Yo Rugaba Itugaba Ikatuganza muri vyose, kandi mu vy'ukuri twebwe, tuzosubira kuri Yo nitwamara gupfa, duheze tuzuke Iduharurire, Iduhembere ivyo twakoze".

ٱلَّذِينَ إِذَآ أَصَٰبَتۡهُم مُّصِيبَةٞ قَالُوٓاْ إِنَّا لِلَّهِ وَإِنَّآ إِلَيۡهِ رَٰجِعُونَ ١٥٦

157. Abo rero, ni bo bari mu mahoro n'impuhwe z'Imana yabo Rurema Allah. Abo ni na bo bagororotsi bari mu nzira y'ukuri ibaganisha ku Mana Allah.

أُوْلَٰٓئِكَ عَلَيۡهِمۡ صَلَوَٰتٞ مِّن رَّبِّهِمۡ وَرَحۡمَةٞۖ وَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡمُهۡتَدُونَ ١٥٧

158. Mu vy'ukuri, imisozi "Swafa" na "Mar-wa" iri amaja mu buseruko bwa Al-Ka'ba, ni mu bimenyetso vyo kwiyegereza ku Mana Allah. Uwuzoja gushengerera canke kugendera ingoro ntagatifu iri i Makka, nta caha kuri we kiri mu gukokera anyaragasa (sa'yi) hagati y'iyo misozi. Uwuzokwitanga ku bw'Imana Allah mu gukora ivyiza bidategetswe, mu vy'ukuri Imana Allah Irashima, Izobimuhembera, kandi Irazi ibikorwa vy'abaja bayo, nta we Izorenganya na gato.

۞إِنَّ ٱلصَّفَا وَٱلۡمَرۡوَةَ مِن شَعَآئِرِ ٱللَّهِۖ فَمَنۡ حَجَّ ٱلۡبَيۡتَ أَوِ ٱعۡتَمَرَ فَلَا جُنَاحَ عَلَيۡهِ أَن يَطَّوَّفَ بِهِمَاۚ وَمَن تَطَوَّعَ خَيۡرٗا فَإِنَّ ٱللَّهَ شَاكِرٌ عَلِيمٌ ١٥٨

159. Mu vy'ukuri, abanyegeza ivyo Twabamanuriye mu bimenyetso n'uburongozi, vyemeza ko ubutumwa bwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari ukuri, inyuma y'aho Tubigaragarije abantu muri Tawurati n'Injili, abo ni bo bavumwe n'Imana Allah, banasabirwa imivumo n'ibiremwa vyose.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَكۡتُمُونَ مَآ أَنزَلۡنَا مِنَ ٱلۡبَيِّنَٰتِ وَٱلۡهُدَىٰ مِنۢ بَعۡدِ مَا بَيَّنَّٰهُ لِلنَّاسِ فِي ٱلۡكِتَٰبِ أُوْلَٰٓئِكَ يَلۡعَنُهُمُ ٱللَّهُ وَيَلۡعَنُهُمُ ٱللَّٰعِنُونَ ١٥٩

160. Kiretse abagarutse ku Mana Allah bakigaya ivyaha vyabo, bagatunganya n'ivyo bononye, bakanagaragaza ukuri banyegeje, abo ni bo Jewe Allah Numvira, Nkabagirira ikigongwe, ni na Jewe rero Nyenukwumvirabigaya, Numvira abantakambira mu biremwa, Nyenimbabazi ku batoni banje.

إِلَّا ٱلَّذِينَ تَابُواْ وَأَصۡلَحُواْ وَبَيَّنُواْ فَأُوْلَٰٓئِكَ أَتُوبُ عَلَيۡهِمۡ وَأَنَا ٱلتَّوَّابُ ٱلرَّحِيمُ ١٦٠

161. Mu vy'ukuri, abagararije bakananyegeza ukuri, bagaheza bagashishikara ukwo, bagarariza gushika gupfa, abo ni bo bakwiye imivumo y'Imana Allah, iy'abamalayika hamwe rero n'iy'abantu bose.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَمَاتُواْ وَهُمۡ كُفَّارٌ أُوْلَٰٓئِكَ عَلَيۡهِمۡ لَعۡنَةُ ٱللَّهِ وَٱلۡمَلَٰٓئِكَةِ وَٱلنَّاسِ أَجۡمَعِينَ ١٦١

162. Bazoguma muri nya mivumo nyene no mu muriro ibihe bidahera, ntibazotezurirwa na gato mu bihano ngo baruhuke, eka mbere bobo ntibazohabwa agahengwe ngo biregure ku vyaha bakoze.

خَٰلِدِينَ فِيهَا لَا يُخَفَّفُ عَنۡهُمُ ٱلۡعَذَابُ وَلَا هُمۡ يُنظَرُونَ ١٦٢

163. Bantu! Burya Imana Yanyu ni Imana Imwe Rudende Allah[1]. Nta yindi mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Yo, ni Yo rero Nyenimpuhwe, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِلَٰهُكُمۡ إِلَٰهٞ وَٰحِدٞۖ لَّآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ٱلرَّحۡمَٰنُ ٱلرَّحِيمُ ١٦٣

[1] Ni Imwe Rudende mu bumana bwayo, mu mazina n'amatazirano yayo, hamwe rero no mu bikorwa vyayo biyiranga ko Ikwiye gusengwa ari Imwe Rudende.

إِنَّ فِي خَلْقِ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَٱخْتِلَٰفِ ٱلَّيْلِ وَٱلنَّهَارِ وَٱلْفُلْكِ ٱلَّتِي تَجْرِي فِي ٱلْبَحْرِ بِمَا يَنفَعُ ٱلنَّاسَ وَمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مِن مَّآءٍ فَأَحْيَا بِهِ ٱلْأَرْضَ بَعْدَ مَوْتِهَا وَبَثَّ فِيهَا مِن كُلِّ دَآبَّةٍ وَتَصْرِيفِ ٱلرِّيَٰحِ وَٱلسَّحَابِ ٱلْمُسَخَّرِ بَيْنَ ٱلسَّمَآءِ وَٱلْأَرْضِ لَءَايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يَعْقِلُونَ ﴿١٦٤﴾

164. Mu vy'ukuri, mw'iremwa ry'amajuru mu kuntu ahanitse, n'isi mu kuntu ishigikiwe n'imisozi, ikagira utubande n'amabahari; mw'ibisikanya n'ikurakuranwa ry'ijoro n'umurango; mw'igendera ry'ubwato mw'ibahari bwunguruza ibifitiye akamaro abantu; mw'igwishwa ry'imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, maze Imana Allah Ikanagisha ibiterwa n'ivyimeza kw'isi hakoreshejwe amazi y'imvura, inyuma y'igaduka no gucika ubukumbagare kw'isi; mw'ikwiragizwa ry'ibinyabuzima bitandukanye bigendagenda mw'isi; mw'irungikwa ry'umuyaga hamwe n'isunikwa ry'ibicu mu kirere kiri hagati y'ijuru n'isi, mw'iremwa ry'ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo vyotuma abantu bafise ubwenge banyurwa bakikebuka, bagaheza bakamenya ko Imana Allah Ikwiye gusengwa ari Imwe Rudende.

وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يَتَّخِذُ مِن دُونِ ٱللَّهِ أَندَادًا يُحِبُّونَهُمْ كَحُبِّ ٱللَّهِ ۖ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَشَدُّ حُبًّا لِّلَّهِ ۗ وَلَوْ يَرَى ٱلَّذِينَ ظَلَمُوٓاْ إِذْ يَرَوْنَ ٱلْعَذَابَ أَنَّ ٱلْقُوَّةَ لِلَّهِ جَمِيعًا وَأَنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلْعَذَابِ ﴿١٦٥﴾

165. N'aho biri ukwo, mu bantu harimwo abirengagiza Imana Allah bakagira mu gishingo cayo ibigirwamana bakunda nka kurya bategerezwa gukunda Imana Allah, kandi bitabikwiye. Nayo abemeramana barakunda bakubaha Imana Allah kurusha uko nya bantu bakunda ibigirwamana vyabo. Iyo abirenganije mw'ibangikanyamana bamenya igihe babonye ibihano vyo ku musi w'izuka, ko mu vy'ukuri Imana Allah ari Yo Nyeninguvu zose, n'uko Imana Allah Ihana Igahasha, ntibari gusenga ibigirwamana.

إِذْ تَبَرَّأَ ٱلَّذِينَ ٱتُّبِعُواْ مِنَ ٱلَّذِينَ ٱتَّبَعُواْ وَرَأَوُاْ ٱلْعَذَابَ وَتَقَطَّعَتْ بِهِمُ ٱلْأَسْبَابُ ﴿١٦٦﴾

166. Igihe rero babonye ibihano ku musi w'izuka, indongozi z'abahakanyi zizokwigarama abazikurikiye mw'ibangikanyamana, n'ivyabahuza kw'isi vyose bizohera.

وَقَالَ ٱلَّذِينَ ٱتَّبَعُواْ لَوْ أَنَّ لَنَا كَرَّةً فَنَتَبَرَّأَ مِنْهُمْ كَمَا تَبَرَّءُواْ مِنَّا ۗ كَذَٰلِكَ يُرِيهِمُ ٱللَّهُ أَعْمَٰلَهُمْ حَسَرَٰتٍ عَلَيْهِمْ ۖ وَمَا هُم بِخَٰرِجِينَ مِنَ ٱلنَّارِ ﴿١٦٧﴾

167. Abakurikiye nya ndongozi na bo, bazoheza bavuge n'ishavu n'akantu bati: "Ese iyo tuba dushoboye gusubira kw'isi, maze tukigarama izo ndongozi nk'uko zitwigaramye!". Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Izobereka ibihano vyayo ku musi w'izuka - Izobereka ibikorwa vyabo vyabaye impfagusa maze bicuze, eka mbere bobo ntibazopfa bavuye mu muriro udahera.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ كُلُواْ مِمَّا فِي ٱلْأَرْضِ حَلَٰلًا طَيِّبًا وَلَا تَتَّبِعُواْ خُطُوَٰتِ ٱلشَّيْطَٰنِ ۚ إِنَّهُۥ لَكُمْ عَدُوٌّ مُّبِينٌ ﴿١٦٨﴾

168. Emwe bantu! Nimufungure mu vyimburwa mw'isi, ibirekuwe vyiza[1] bitabagirira ingaruka mbi, kandi ntimugakurikire inzira za shetani mu kuzirura ibizira, mu kuziririza ibiziruye, no mu kwadukana rero bishasha mw'idini. Mu vy'ukuri, shetani ni umwansi wanyu agaragara.

[1] Ibirekuwe vyiza, ni birya vyose bisukuye bidahumanye, ata ngaruka mbi bigirira uwubifunguye canke uwubinyoye.

169. Ni ukuri, shetani ibategeka gukora ibibi n'ivyaha vy'agahomerabunwa no kurementaniriza Imana Allah mu kuziririza ibirekuwe canke kuzirura ibizira mudafitiye ubumenyi.

إِنَّمَا يَأۡمُرُكُم بِٱلسُّوٓءِ وَٱلۡفَحۡشَآءِ وَأَن تَقُولُواْ عَلَى ٱللَّهِ مَا لَا تَعۡلَمُونَ ١٦٩

170. Iyo abemeramana bahanuye abahuvye bakababwira bati: "Nimukurikire uburongozi n'ivyahishuwe n'Imana Allah muri Qor'ani". Baragagaza bakishura bati: "Ahubwo nyabuna dukurikira ivyo twasanze abavyeyi bacu bakora!". Mbega none, karashize ingani bakurikire abavyeyi babo n'aho boba ata na kimwe batahura ku vyerekeye Imana Allah n'uburongozi bwayo!

وَإِذَا قِيلَ لَهُمُ ٱتَّبِعُواْ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ قَالُواْ بَلۡ نَتَّبِعُ مَآ أَلۡفَيۡنَا عَلَيۡهِ ءَابَآءَنَآۚ أَوَلَوۡ كَانَ ءَابَآؤُهُمۡ لَا يَعۡقِلُونَ شَيۡـٔٗا وَلَا يَهۡتَدُونَ ١٧٠

171. Akarorero k'abahakanye n'uwubararikira ukwemera Imana Allah, ni nk'ak'umwungere acamura ibitungwa abikankamira kandi bitumva kiretse ijwi gusa, ntibiheze rero ngo bitahure insiguro y'amajambo. Ni ibipfamatwi, barabwirwa ntibumva ukuri, ni ibiragi ntibavuga ukuri, ni ibipfamaso barerekwa ntibabona inzira y'ukuri, eka mbere bobo ntibagira ubwenge ngo batahure icobagirira akamaro.

وَمَثَلُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ كَمَثَلِ ٱلَّذِي يَنۡعِقُ بِمَا لَا يَسۡمَعُ إِلَّا دُعَآءٗ وَنِدَآءٗۚ صُمُّۢ بُكۡمٌ عُمۡيٞ فَهُمۡ لَا يَعۡقِلُونَ ١٧١

172. Emwe bemeramana! Nimurye mu vyiza Twabafunguriye, muheze mushimire vy'ukuri Imana Allah ku nema zayo nimwaba koko ari Yo gusa mwiyegereza mu vyo mukora vyose mukanayisenga.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ كُلُواْ مِن طَيِّبَٰتِ مَا رَزَقۡنَٰكُمۡ وَٱشۡكُرُواْ لِلَّهِ إِن كُنتُمۡ إِيَّاهُ تَعۡبُدُونَ ١٧٢

173. Ivyo Imana Allah Yaziririje kuri mwebwe, ni ivyobagirira ingaruka mbi nk'intumvyi[1], ikiremve (ubuseri), inyama y'ingurube n'ivyabagiwe rero ikitari Imana Allah. Kubera rero impuhwe z'Imana Allah kuri mwebwe, uwo wese ubuzima bwiwe buzoba bubangamiwe n'inzara, ararekuriwe gufungura ibikwiriye kurokora ubuzima atarengeje urugero canke ngo arenge imbibe z'ibirekuwe n'Imana Allah, uyo rero nta caha kuri we. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِنَّمَا حَرَّمَ عَلَيۡكُمُ ٱلۡمَيۡتَةَ وَٱلدَّمَ وَلَحۡمَ ٱلۡخِنزِيرِ وَمَآ أُهِلَّ بِهِۦ لِغَيۡرِ ٱللَّهِۖ فَمَنِ ٱضۡطُرَّ غَيۡرَ بَاغٖ وَلَا عَادٖ فَلَآ إِثۡمَ عَلَيۡهِۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٞ رَّحِيمٌ ١٧٣

174. Mu vy'ukuri, abanyegeza ivyo Imana Allah Yamanuye mu Bitabu vyayo, biranga bikemeza ko ubutumwa bwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari ukuri, bakanemera kwakira impongano nto nk'ikiguzi c'ukwo kunyegeza ukuri, abo ntibashira mu nda zabo kiretse umuriro udahera. Imana Allah ntizobavugisha ku musi w'izuka, eka mbere ntizonabeza ivyaha vyabo. Baranategekanirijwe n'ibihano bibabaza cane mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَكۡتُمُونَ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ مِنَ ٱلۡكِتَٰبِ وَيَشۡتَرُونَ بِهِۦ ثَمَنٗا قَلِيلًا أُوْلَٰٓئِكَ مَا يَأۡكُلُونَ فِي بُطُونِهِمۡ إِلَّا ٱلنَّارَ وَلَا يُكَلِّمُهُمُ ٱللَّهُ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ وَلَا يُزَكِّيهِمۡ وَلَهُمۡ عَذَابٌ أَلِيمٌ ١٧٤

[1] Igitungwa capfuye kidakerewe kw'izina ry'Imana Allah.

175. Abo ni bo rero biguze ubuhuvyi ha kurongoka, bongera bigura ibihano ha kurondera kugirirwa imbabazi n'Imana Allah. Barubahuka bakarenza ntuze, none ni igiki kizotuma bihanganira umuriro udahera!

أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ ٱشْتَرَوُاْ ٱلضَّلَٰلَةَ بِٱلْهُدَىٰ وَٱلْعَذَابَ بِٱلْمَغْفِرَةِۚ فَمَآ أَصْبَرَهُمْ عَلَى ٱلنَّارِ ﴿١٧٥﴾

176. Ivyo bihano rero barabikwiye, kuko Imana Allah Yamanuye Ibitabu birimwo ukuri kugaragara, baraheza barabihakana bivuye inyuma. Mu vy'ukuri, abacanyemwo bakemera bimwe mu biri mu Gitabu bagahakana ibindi, bari mu mpari ziri kure y'ukuri.

ذَٰلِكَ بِأَنَّ ٱللَّهَ نَزَّلَ ٱلْكِتَٰبَ بِٱلْحَقِّۗ وَإِنَّ ٱلَّذِينَ ٱخْتَلَفُواْ فِي ٱلْكِتَٰبِ لَفِي شِقَاقٍۭ بَعِيدٍ ﴿١٧٦﴾

177. Nta neza muziga ku Mana Allah mu gutumbera mu buseruko no mu burengero mu gusenga kutubahirije ibwirizwa ry'Imana Allah. Ahubwo ineza nya neza, ni ukwemera kw'uwemeye Imana Imwe Rudende Allah akanemera n'umusi w'imperuka, abamalayika bose, Ibitabu vyose vyamanuwe n'Imana Allah, Abavugishwamana bose ata kuvangura, agahereza mu matungo yiwe akunda incuti mu muryango, impfumvyi, abakene, uwakehaniwe ku rugendo, abasega kuko bugarijwe n'ubukene; agatanga no mu kubohoza imbohe n'abagurano; agatsimbataza isengesho, agatanga n'ishikanwa-bwirizwa, abubahiriza isezerano ryabo iyo baryiyemeje, abihangana mu bukene, mu gihe c'indwara, no mu gihe c'indwano. Abo ni bo rero mvugakuri. Abo ni na bo rero batinya ibihano vy'Imana Allah maze bakavyikingira.

۞لَّيْسَ ٱلْبِرَّ أَن تُوَلُّواْ وُجُوهَكُمْ قِبَلَ ٱلْمَشْرِقِ وَٱلْمَغْرِبِ وَلَٰكِنَّ ٱلْبِرَّ مَنْ ءَامَنَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْأٓخِرِ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةِ وَٱلْكِتَٰبِ وَٱلنَّبِيِّۧنَ وَءَاتَى ٱلْمَالَ عَلَىٰ حُبِّهِۦ ذَوِي ٱلْقُرْبَىٰ وَٱلْيَتَٰمَىٰ وَٱلْمَسَٰكِينَ وَٱبْنَ ٱلسَّبِيلِ وَٱلسَّآئِلِينَ وَفِي ٱلرِّقَابِ وَأَقَامَ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتَى ٱلزَّكَوٰةَ وَٱلْمُوفُونَ بِعَهْدِهِمْ إِذَا عَٰهَدُواْۖ وَٱلصَّٰبِرِينَ فِي ٱلْبَأْسَآءِ وَٱلضَّرَّآءِ وَحِينَ ٱلْبَأْسِۗ أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ صَدَقُواْۖ وَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُتَّقُونَ ﴿١٧٧﴾

178. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Mwarategetswe kwihora ku bishwe n'ibigira nkana, hakicwa uwishe, uwigenga yicwa yishe uwigenga, umugurano yicwa yishe umugurano, n'umukobwa yicwa yishe umukobwa[1]. Uwuzobabarirwa n'umuhagarikizi w'uwishwe ntiyihore, akemera gushumbushwa, araheza yishuze ku neza mu rupfasoni, na we aheze yishure mu bugwaneza. Ukwo ni ukworoherezwa n'impuhwe bivuye ku Mana yanyu Rurema Allah. Inyuma yo kwubahiriza iyo ngingo yo kubabarirwa, uwuzorengera ku wishe akamwica, uyo azohabwa igihano kibabaza cane co kwicwa no guhanwa mu muriro udahera.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ كُتِبَ عَلَيْكُمُ ٱلْقِصَاصُ فِي ٱلْقَتْلَىۖ ٱلْحُرُّ بِٱلْحُرِّ وَٱلْعَبْدُ بِٱلْعَبْدِ وَٱلْأُنثَىٰ بِٱلْأُنثَىٰۚ فَمَنْ عُفِيَ لَهُۥ مِنْ أَخِيهِ شَيْءٌ فَٱتِّبَاعٌۢ بِٱلْمَعْرُوفِ وَأَدَآءٌ إِلَيْهِ بِإِحْسَٰنٍۗ ذَٰلِكَ تَخْفِيفٌ مِّن رَّبِّكُمْ وَرَحْمَةٌۗ فَمَنِ ٱعْتَدَىٰ بَعْدَ ذَٰلِكَ فَلَهُۥ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿١٧٨﴾

179. Emwe bantu mufise ubwenge! Itegeko ryo kwihora hakicwa uwishe, kuri mwebwe ririmwo ubuzima bw'iteka n'itekane, kugira ngo mutinye Imana Allah ntimusese amaraso.

وَلَكُمْ فِي ٱلْقِصَاصِ حَيَوٰةٌ يَٰٓأُوْلِي ٱلْأَلْبَٰبِ لَعَلَّكُمْ تَتَّقُونَ ﴿١٧٩﴾

[1] Imbere yuko iyi Aayah imanuka, uwishe umugurano canke umukobwa bene umuhisi mu kwihora basaba kwica uwigenga canke umugabo. Iyi Aayah rero ica ishinga itegeko ko hicwa uwishe mu gihe yagiriwe n'icaha co kwica ibigirankana.

180. Mwategetswe mu gihe umwe muri mwebwe yoba ari ku mpfiro, bishitse agasiga amatungo, ko yoraga ku neza ata nkunzi bimwe muri yo, maze bigaherezwa abavyeyi biwe n'incuti za hafi mu muryango afatiye ku bakenye kurusha abandi, mu gihe bitarenze ica gatatu c'amatungo yiwe. Ako ni agateka ntabanduka kubahirizwa n'abagamburukiramana[1].

كُتِبَ عَلَيْكُمْ إِذَا حَضَرَ أَحَدَكُمُ ٱلْمَوْتُ إِن تَرَكَ خَيْرًا ٱلْوَصِيَّةُ لِلْوَٰلِدَيْنِ وَٱلْأَقْرَبِينَ بِٱلْمَعْرُوفِ ۖ حَقًّا عَلَى ٱلْمُتَّقِينَ ﴿١٨٠﴾

181. Uwuzohirahira agahindura iragi inyuma yuko aryumvise ku muhisi, mu vy'ukuri ivyaha bizoba ari ivy'uwahinduye. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga, Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo mukora n'ivyo muzirikana, kandi Izobibahembera.

فَمَنۢ بَدَّلَهُۥ بَعْدَ مَا سَمِعَهُۥ فَإِنَّمَآ إِثْمُهُۥ عَلَى ٱلَّذِينَ يُبَدِّلُونَهُۥٓ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿١٨١﴾

182. Uwuzotinya ko uwuraga yohava arenganya canke ko yokora icaha hashizwe mu ngiro iragi yasize kuko ritisunga amategeko, agaheza agatunganiriza abasigwa mu guhindura ingingo zirimwo akarenganyo mw'iragi, uyo nta caha kuri we. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

فَمَنْ خَافَ مِن مُّوصٍ جَنَفًا أَوْ إِثْمًا فَأَصْلَحَ بَيْنَهُمْ فَلَآ إِثْمَ عَلَيْهِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿١٨٢﴾

183. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Mwarategetswe kwipfunga nk'uko ab'aho hambere yanyu babitegetswe, kugira ngo mwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kuyumvira ari Imwe Rudende;

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ كُتِبَ عَلَيْكُمُ ٱلصِّيَامُ كَمَا كُتِبَ عَلَى ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِكُمْ لَعَلَّكُمْ تَتَّقُونَ ﴿١٨٣﴾

184. Ni ukwipfunga imisi imparurwa. Uwuzoba rero muri mwebwe arwaye canke ari ku rugendo, arafungura aheze arihe igitigiri c'imisi yafunguye mu yindi misi. N'abapfunga bibagoye cane kubera ubusaza canke indwara zidakira, aba barafungurira umukene umwe mu gishingo c'umusi umwe batapfunze. Uwuzogira ico azorenzako ku bushake bwiwe kizoba ari ku neza yiwe. Mu gihe mwokwihanganira ukwipfunga kubagora maze mugapfunga, vyoba ari vyo vyiza kuri mwebwe kuruta gufungurira abakene, iyo muba muzi rero ivyiza birimwo, mwopfunze.

أَيَّامًا مَّعْدُودَٰتٍ ۚ فَمَن كَانَ مِنكُم مَّرِيضًا أَوْ عَلَىٰ سَفَرٍ فَعِدَّةٌ مِّنْ أَيَّامٍ أُخَرَ ۚ وَعَلَى ٱلَّذِينَ يُطِيقُونَهُۥ فِدْيَةٌ طَعَامُ مِسْكِينٍ ۖ فَمَن تَطَوَّعَ خَيْرًا فَهُوَ خَيْرٌ لَّهُۥ ۚ وَأَن تَصُومُواْ خَيْرٌ لَّكُمْ إِن كُنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿١٨٤﴾

185. Ni mu kwezi kwa "Ramadhani" Imana Allah Yatanguye kumanura Qor'ani mw'ijoro ry'iteka, irimwo uburongozi ku bantu n'ivyemezo bitandukanya ukuri n'ikinyoma. Kubera ivyo rero, uwo ukwezi kuzoboneka akomeye atari ku rugendo, aragupfunga. Uwuzoba muri mwebwe na we arwaye canke ari ku rugendo, arafungura hanyuma aheze arihe igitigiri c'imisi yafunguye mu yindi misi. Imana Allah Ibashakira ukworoherwa mu gushira mu ngiro amabwirizwa yayo, eka mbere ntishaka ko mworemerwa mukananirwa kugira ngo mukwize igitigiri

شَهْرُ رَمَضَانَ ٱلَّذِىٓ أُنزِلَ فِيهِ ٱلْقُرْءَانُ هُدًى لِّلنَّاسِ وَبَيِّنَٰتٍ مِّنَ ٱلْهُدَىٰ وَٱلْفُرْقَانِ ۚ فَمَن شَهِدَ مِنكُمُ ٱلشَّهْرَ فَلْيَصُمْهُ ۖ وَمَن كَانَ مَرِيضًا أَوْ عَلَىٰ سَفَرٍ فَعِدَّةٌ مِّنْ أَيَّامٍ أُخَرَ ۗ يُرِيدُ ٱللَّهُ بِكُمُ ٱلْيُسْرَ وَلَا يُرِيدُ بِكُمُ ٱلْعُسْرَ وَلِتُكْمِلُواْ

[1] Iyi ngingo yubahirizwa imbere yuko hamanuka Aayah zitunganya ibijanye no gutorana.

c'imisi y'ukwipfunga, muheze musozere amapfungo mukuza Imana Allah muyininahaza ku musi mukuru wo gufungura, kugira ngo muyishimire ku vyiza Yabashoboje.

ٱلْعِدَّةَ وَلِتُكَبِّرُواْ ٱللَّهَ عَلَىٰ مَا هَدَىٰكُمْ وَلَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ ﴿١٨٥﴾

186. Muvugishwamana! Abaja banje Jewe Allah nibakubaza ku binyerekeye, urabishura ko Jewe mu vy'ukuri Ndi hafi yabo cane. Ndishura igisabisho c'umusavyi iyo ansavye. Kubera ivyo rero, nibanyumvire banyemere kugira ngo bafate inzira yo kuroranirwa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa[1].

وَإِذَا سَأَلَكَ عِبَادِى عَنِّى فَإِنِّى قَرِيبٌ ۖ أُجِيبُ دَعْوَةَ ٱلدَّاعِ إِذَا دَعَانِ ۖ فَلْيَسْتَجِيبُواْ لِى وَلْيُؤْمِنُواْ بِى لَعَلَّهُمْ يَرْشُدُونَ ﴿١٨٦﴾

187. Imana Allah Yarabarekuriye mw'ijoro mu kwezi kwa "Ramadhani" ko murangura amabanga y'abubatse n'abakenyezi banyu. Ni bo babafasha kugumya ibanga ry'ukutarenga ibigo[2], na mwe mukabafasha kugumya ibanga ry'ukutarenga ibigo. Imana Allah Irazi ko mwahora mwihemukira mukarangura amabanga y'abubatse n'abakenyezi banyu mw'ijoro mu kwezi kwa "Ramadhani[3]", Iraheza Irabagirira ikigongwe Irababababarira. Guhera ubu rero, murarangura amabanga y'abubatse munarondera ico Imana Allah Yabageneye mu bibondo, munafungure mwongere munywe gushika umutwenzi w'ukuri ukitse, hanyuma mukwize amapfungo kugera izuba rirenze. Ntimuzohirahire ngo murangure amabanga y'abubatse canke ngo muhobere abakenyezi mu gihe mwiyeguriye Imana Allah mu misigiti "Itikaafu". Izo rero, ni imbibe z'ibibujijwe n'Imana Allah, ntimukazivogere ngo muhave mugwa mu vyaha. Ukwo ni ko Imana Allah Itomorera abantu ingingo n'amabwirizwa yayo kugira ngo bayigamburukire mu kuyubahiriza.

أُحِلَّ لَكُمْ لَيْلَةَ ٱلصِّيَامِ ٱلرَّفَثُ إِلَىٰ نِسَآئِكُمْ ۚ هُنَّ لِبَاسٌ لَّكُمْ وَأَنتُمْ لِبَاسٌ لَّهُنَّ ۗ عَلِمَ ٱللَّهُ أَنَّكُمْ كُنتُمْ تَخْتَانُونَ أَنفُسَكُمْ فَتَابَ عَلَيْكُمْ وَعَفَا عَنكُمْ ۖ فَٱلْـَٰٔنَ بَٰشِرُوهُنَّ وَٱبْتَغُواْ مَا كَتَبَ ٱللَّهُ لَكُمْ ۚ وَكُلُواْ وَٱشْرَبُواْ حَتَّىٰ يَتَبَيَّنَ لَكُمُ ٱلْخَيْطُ ٱلْأَبْيَضُ مِنَ ٱلْخَيْطِ ٱلْأَسْوَدِ مِنَ ٱلْفَجْرِ ۖ ثُمَّ أَتِمُّواْ ٱلصِّيَامَ إِلَى ٱلَّيْلِ ۚ وَلَا تُبَٰشِرُوهُنَّ وَأَنتُمْ عَٰكِفُونَ فِى ٱلْمَسَٰجِدِ ۗ تِلْكَ حُدُودُ ٱللَّهِ فَلَا تَقْرَبُوهَا ۗ كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ ءَايَٰتِهِۦ لِلنَّاسِ لَعَلَّهُمْ يَتَّقُونَ ﴿١٨٧﴾

188. Ntimukarye amatungo ya bamwe muri mwebwe mu buryo butarekuwe[4], kandi ntimugatange ivyemezo vy'ikinyoma ku batware kugira ngo mwihagire amatungo ya bamwe muri mwebwe mwisunze ikinyoma kandi na mwe nyene muzi ko kizira.

وَلَا تَأْكُلُوٓاْ أَمْوَٰلَكُم بَيْنَكُم بِٱلْبَٰطِلِ وَتُدْلُواْ بِهَآ إِلَى ٱلْحُكَّامِ لِتَأْكُلُواْ فَرِيقًا مِّنْ أَمْوَٰلِ ٱلنَّاسِ بِٱلْإِثْمِ وَأَنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿١٨٨﴾

189. Muvugishwamana! Ingendanyi zawe zirakubaza ivyerekeye imboneko y'amezi, igituma ukwezi kuboneka ari guto, kugakura hanyuma kugasubira kuba guto! Zishure uti: "Imboneko y'amezi, ni ibimenyetso abantu bamenyerako ibihe vyo gutunganya amasengesho no gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka "Hijja", hamwe rero n'ibindi bikorwa vyabo vya misi yose. Nta neza iri mu

يَسْـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلْأَهِلَّةِ ۖ قُلْ هِىَ مَوَٰقِيتُ لِلنَّاسِ وَٱلْحَجِّ ۗ وَلَيْسَ ٱلْبِرُّ بِأَن تَأْتُواْ ٱلْبُيُوتَ مِن ظُهُورِهَا وَلَٰكِنَّ ٱلْبِرَّ مَنِ

[1] Muri iyi Aayah, harimwo icemezo c'uko Imana Allah Iri hafi cane y'abaja bayo mu buryo buberanye n'icubahiro cayo.
[2] Nka kurya impuzu igumiriza ibanga uwuyambaye.
[3] Ubwa mbere bagitegekwa ukwipfunga.
[4] Nko gukoresha indahiro y'ikinyoma, kwambura utwa murundi, kwiba, gutanga igiturire, inyungu izira "riba", akamari, n'ibindi.

kwinjira amazu muciye mu busongero bwayo mu gihe co gushengerera canke kugendera ingoro ntagatifu iri i Makka, ariko rero ineza iri mu kugamburukira no mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah. Ba mwinjira amazu rero muciye mu muryango mu gihe co gushengerera canke kugendera ingoro ntagatifu iri i Makka. Muheze kandi mwumvire Imana Allah mu vyo mukora kugira ngo muroranirwe kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

أَتَّقَىٰۗ وَأْتُواْ ٱلْبُيُوتَ مِنْ أَبْوَٰبِهَاۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ لَعَلَّكُمْ تُفْلِحُونَ ﴿١٨٩﴾

190. Bemeramana! Nimuharanire idini ry'Imana Allah mu kurwanya ababarwanya, kandi ntimukarenganye mu kwica abantu kizira ko bicwa nk'abana, abagore n'abatama. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntikunda namba abarenga imbibe zayo z'ibibujijwe.

وَقَٰتِلُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ ٱلَّذِينَ يُقَٰتِلُونَكُمْ وَلَا تَعْتَدُوٓاْۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ ٱلْمُعْتَدِينَ ﴿١٩٠﴾

191. Murica rero ababarwanya aho muzobasanga hose, mubomore mu kubakura aho babasohoye i Makka. Igeragezwa ry'ubugarariji, ibangikanyamana hamwe rero no kuburagiza abantu kwinjira mu bwislamu, ni bibi cane kurusha kubica. Ntimukabarwanye muri mu musigiti mutagatifu kiretse mu gihe ari bo babatanguye. Nibabatangurira mu musigiti mutagatifu rero, murabica. Ni nk'iyo ndishi rero ikwiye abagarariji.

وَٱقْتُلُوهُمْ حَيْثُ ثَقِفْتُمُوهُمْ وَأَخْرِجُوهُم مِّنْ حَيْثُ أَخْرَجُوكُمْۚ وَٱلْفِتْنَةُ أَشَدُّ مِنَ ٱلْقَتْلِۚ وَلَا تُقَٰتِلُوهُمْ عِندَ ٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِ حَتَّىٰ يُقَٰتِلُوكُمْ فِيهِۖ فَإِن قَٰتَلُوكُمْ فَٱقْتُلُوهُمْۗ كَذَٰلِكَ جَزَآءُ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿١٩١﴾

192. Nibaheba ubugarariji no kubarwaniriza mu musigiti mutagatifu, bakaba abislamu, mu vy'ukuri Imana Allah Izobababarira, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

فَإِنِ ٱنتَهَوْاْ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿١٩٢﴾

193. Bemeramana! Murashishikara kurwanya ababangikanyamana babasotora, gushika n'aho ata geragezwa mu kwemera rikibaho, hasigare idini ry'Imana Allah Itabangikanywa na kimwe mu biremwa. Nibaheba ubugarariji no kubarwanya, murabaha amahoro kuko nta rwanko kiretse ku birenganya mu kugarariza no mu kubarwanya.

وَقَٰتِلُوهُمْ حَتَّىٰ لَا تَكُونَ فِتْنَةٌ وَيَكُونَ ٱلدِّينُ لِلَّهِۖ فَإِنِ ٱنتَهَوْاْ فَلَا عُدْوَٰنَ إِلَّا عَلَى ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٩٣﴾

194. Bemeramana! Ukurwanya ababangikanyamana mu kwezi kiziramwo kurwana, ni mu ntumbero yo kubihora kuko na bo nyene babarwanije muri ukwo kwezi. Uwurenze imbibe z'Imana Allah z'ivyaziririjwe, ahabwa igihano gisa n'icaha yakoze. Uwuzobarengera akarimbi rero, muramwivuna ingere ku yindi kuko ari we yabasotoye. Muheze rero mutinye Imana Allah ntimurenze urugezo mu kwivuna, muheze mumenye kandi ko Imana Allah Iri kumwe n'abagamburukiramana.

ٱلشَّهْرُ ٱلْحَرَامُ بِٱلشَّهْرِ ٱلْحَرَامِ وَٱلْحُرُمَٰتُ قِصَاصٌۚ فَمَنِ ٱعْتَدَىٰ عَلَيْكُمْ فَٱعْتَدُواْ عَلَيْهِ بِمِثْلِ مَا ٱعْتَدَىٰ عَلَيْكُمْۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ مَعَ ٱلْمُتَّقِينَ ﴿١٩٤﴾

195. Bemeramana! Nimushishikare gutanga mu guharanira idini ry'Imana Allah, ntimukanahirahire ngo mwiyahure mu kureka gutanga no guharanira idini ry'Imana Allah, muheze rero kandi mubikore mu bugwaneza ku bw'Imana Allah. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irakunda abagwaneza bakora ivyo bakora ku bwayo.

وَأَنفِقُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَلَا تُلۡقُواْ بِأَيۡدِيكُمۡ إِلَى ٱلتَّهۡلُكَةِۛ وَأَحۡسِنُوٓاْۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلۡمُحۡسِنِينَ ١٩٥

196. Muratunganya ugushengerera no kugendera ingoro ntagatifu iri i Makka ku bw'Imana Allah. Nimwazitirwa n'intambamyi ibabuza kubitunganya mwamaze kubizirikana, mukambara n'urubega "ihraamu", murabaga imbagwa iboroheye kuronka mu bitungwa, maze mwitoneshe ku Mana Allah, muheze mukure urubega rwanyu muhejeje kumwa canke kugabanya umushatsi. Ntimuzomwe umushatsi wanyu mu gihe muzitiwe mutarabagira aho nyene mwazitiriwe, muheze rero inyuma yaho mukure urubega[1]. Uwuzoba na we muri mwebwe arwaye canke afise ikimubangamiye ku mutwe gituma ategerezwa kumwa acambaye urubega, aramwa ace ategekwa icuhagizo co kwipfunga imisi itatu canke guhereza imfungurwa abakene batandatu[2] canke kubaga intungwa imwe akayigaburira aboro b'i Makka. Nimwaba naho muri mu mutekano mufise amagara meza, uwuzoba yazirikanye gusa kugendera ingoro ntagatifu iri i Makka "Umra", mu kurindira ko igihe co gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka "Hijja" gishika, uyo rero arabaga mu bitungwa imbagwa imworoheye. Ataronse imbagwa, arapfunga imisi itatu akiri gushengerera mu mezi ya "Hijja", yongere apfunge n'iyindi misi indwi mumaze gusubira mu banyu, yose hamwe izoba ibaye imisi cumi ategerezwa gupfunga. Izo ngingo zerekeye abatagira umuryango usanzwe uba i Makka. Muheze rero mutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, mumenye kandi ko Imana Allah Ihana Igahasha uwuciye kubiri n'amabwirizwa yayo.

وَأَتِمُّواْ ٱلۡحَجَّ وَٱلۡعُمۡرَةَ لِلَّهِۚ فَإِنۡ أُحۡصِرۡتُمۡ فَمَا ٱسۡتَيۡسَرَ مِنَ ٱلۡهَدۡيِۖ وَلَا تَحۡلِقُواْ رُءُوسَكُمۡ حَتَّىٰ يَبۡلُغَ ٱلۡهَدۡيُ مَحِلَّهُۥۚ فَمَن كَانَ مِنكُم مَّرِيضًا أَوۡ بِهِۦٓ أَذٗى مِّن رَّأۡسِهِۦ فَفِدۡيَةٞ مِّن صِيَامٍ أَوۡ صَدَقَةٍ أَوۡ نُسُكٖۚ فَإِذَآ أَمِنتُمۡ فَمَن تَمَتَّعَ بِٱلۡعُمۡرَةِ إِلَى ٱلۡحَجِّ فَمَا ٱسۡتَيۡسَرَ مِنَ ٱلۡهَدۡيِۚ فَمَن لَّمۡ يَجِدۡ فَصِيَامُ ثَلَٰثَةِ أَيَّامٖ فِي ٱلۡحَجِّ وَسَبۡعَةٍ إِذَا رَجَعۡتُمۡۗ تِلۡكَ عَشَرَةٞ كَامِلَةٞۗ ذَٰلِكَ لِمَن لَّمۡ يَكُنۡ أَهۡلُهُۥ حَاضِرِي ٱلۡمَسۡجِدِ ٱلۡحَرَامِۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلۡعِقَابِ ١٩٦

197. Igihe co gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka ni amezi azwi[3]. Uwuzozirikana rero kuyishengerera muri ayo mezi, kizoba kizira kuri we kurangura amabanga y'abubatse, kuvuga ibishegu n'ibindi bijanye na vyo, hamwe rero no guharira gutera urwanko n'ishavu mu gihe co gutunganya ibikorwa vy'ishengerera ry'iyo ngoro. Ico mugira cose mu vyiza, Imana Allah Irakizi kandi

ٱلۡحَجُّ أَشۡهُرٞ مَّعۡلُومَٰتٞۚ فَمَن فَرَضَ فِيهِنَّ ٱلۡحَجَّ فَلَا رَفَثَ وَلَا فُسُوقَ وَلَا جِدَالَ فِي ٱلۡحَجِّۗ وَمَا تَفۡعَلُواْ مِنۡ خَيۡرٖ يَعۡلَمۡهُ ٱللَّهُۗ وَتَزَوَّدُواْ فَإِنَّ خَيۡرَ ٱلزَّادِ ٱلتَّقۡوَىٰۚ وَٱتَّقُونِ يَٰٓأُوْلِي ٱلۡأَلۡبَٰبِ ١٩٧

[1] Ukwo ni ko Intumwa y'Imana yabigenjeje igihe abahakanyi bayibuza kwinjira i Makka igeze ahitwa "Hudaybiyya", yaciye ibagira aho nyene hanyuma iramwa umushatsi.
[2] Ahereza umwe wese muri bo ibingana n'ivyo woyoza amashi incuro zibiri.
[3] Ukwezi kwa cumi "Shawwaal", ukwezi kwa cumi na rimwe "Dhu l-Qa'da" n'imisi cumi ya mbere mu kwezi kwa cumi na kabiri "Dhu l-Hijja".

Izokibahembera. Muraheza rero munatekere impamba ikwiye mu rugendo rwo kuyishengerera, hamwe rero n'impamba y'ivyeza umutima. Mu vy'ukuri, impamba nziza ni igamburukiramana. Muheze rero muntinye Jewe Allah emwe bantu b'incabwenge!

لَيْسَ عَلَيْكُمْ جُنَاحٌ أَن تَبْتَغُوا۟ فَضْلًا مِّن رَّبِّكُمْ ۚ فَإِذَآ أَفَضْتُم مِّنْ عَرَفَٰتٍ فَٱذْكُرُوا۟ ٱللَّهَ عِندَ ٱلْمَشْعَرِ ٱلْحَرَامِ ۖ وَٱذْكُرُوهُ كَمَا هَدَىٰكُمْ وَإِن كُنتُم مِّن قَبْلِهِۦ لَمِنَ ٱلضَّآلِّينَ ﴿١٩٨﴾

198. Nta kibi kuri mwebwe kiri mu kurondera ingabirano z'Imana yanyu Rurema Allah mu rudandazwa mu gihe co gushengerera ingoro ntagatifu. Nihagera aho mutera muva "Arafaati" mugana "Muzdalifa" izuba rimaze kurenga[1], muraninahaza mutazira musaba kenshi Imana Allah mugeze "Muzdalifa" ahagenewe kuninaharizwa Imana Allah. Murayininahaza kenshi rero ku vyo Yabashoboje Ikabarongora mu nzira yayo. Ni ukuri mwari mu bahuvye imbere yuko Ibarongora.

ثُمَّ أَفِيضُوا۟ مِنْ حَيْثُ أَفَاضَ ٱلنَّاسُ وَٱسْتَغْفِرُوا۟ ٱللَّهَ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿١٩٩﴾

199. Muraheza rero, mubandanye muvuye "Muzdalifa" mutera muja "Mina" mwahereye "Arafaati", ari na ho Intumwa y'Imana Ibrahimu yahereye, muheze munasabe Imana Allah ikigongwe. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

فَإِذَا قَضَيْتُم مَّنَاسِكَكُمْ فَٱذْكُرُوا۟ ٱللَّهَ كَذِكْرِكُمْ ءَابَآءَكُمْ أَوْ أَشَدَّ ذِكْرًا ۗ فَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يَقُولُ رَبَّنَآ ءَاتِنَا فِى ٱلدُّنْيَا وَمَا لَهُۥ فِى ٱلْءَاخِرَةِ مِنْ خَلَٰقٍ ﴿٢٠٠﴾

200. Nimwaheza ibikorwa vyanyu bitegetswe mu gushengerera ingoro ntagatifu, muraninahaza mutazira Imana Allah kenshi cane, nka kurya mwigamba muhayagiza abavyeyi banyu canke murushirizeho. Burya mu bantu harimwo umugwi witwararika ivy'isi maze ugasaba uti: "Mana yacu Rurema Allah! Duhe kuroranirwa mu vy'isi: amagara meza, amatungo n'ibibondo". Abo, nta mugabane bategekanirijwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

وَمِنْهُم مَّن يَقُولُ رَبَّنَآ ءَاتِنَا فِى ٱلدُّنْيَا حَسَنَةً وَفِى ٱلْءَاخِرَةِ حَسَنَةً وَقِنَا عَذَابَ ٱلنَّارِ ﴿٢٠١﴾

201. Muri bo kandi harimwo umugwi witwararika ubuzima bw'inyuma yo gupfa, usaba uti: "Mana yacu Rurema Allah! Duhe kuroranirwa mu vyiza vyose vy'isi no mu vyiza bidushikana mu Bwami bw'ijuru mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Wongere Udukingire ibihano vyo mu muriro udahera".

أُو۟لَٰٓئِكَ لَهُمْ نَصِيبٌ مِّمَّا كَسَبُوا۟ ۚ وَٱللَّهُ سَرِيعُ ٱلْحِسَابِ ﴿٢٠٢﴾

202. Abo ni bo rero bategekanirijwe umugabane w'indishi nziza ku vyo barondeye. Burya Imana Allah Irananyarutsa mu guharurira no mu guhemba abaja bayo.

۞ وَٱذْكُرُوا۟ ٱللَّهَ فِىٓ أَيَّامٍ مَّعْدُودَٰتٍ ۚ فَمَن تَعَجَّلَ فِى يَوْمَيْنِ فَلَآ إِثْمَ عَلَيْهِ وَمَن تَأَخَّرَ

203. Muraninahaza mwongere mutazire Imana Allah mu misi imparurwa[2]. Uwuzoshaka kwihuta kuva "Mina" imbere yuko izuba rirenga ku musi ugira uw'icumi na kabiri, akaba yahejeje gutera amabuye ku biterero

[1] Ku musi w'igenekerezo rya 9 mu kwezi kwa "Dhu l-Hijja" kwa 12.

[2] Ni imisi itatu ikurikirana, igenekerezo rya 11, 12 na 13 ikurikira ilayidi nkuru mu kwezi kwa "Dhu l-Hijja" kwa 12.

(Jamaraat), nta caha kuri we. N'uwuzocererwa kuva "Mina[1]", akavayo ahejeje gutera amabuye ku biterero ku musi ugira uw'icumi na gatatu, nta caha kirimwo ku wugamburukira Imana Allah mu kwubahiriza imigirwa yo gushengerera ingoro ntagatifu. Muraheza rero mutinye Imana Allah mu kuyigamburukira mu vyo mukora, muheze mumenye kandi ko muzokwegeranirizwa kuri Yo, kugira Ibaharurire Yongere Ibahembere ivyo mwakoze.

فَلَآ إِثْمَ عَلَيْهِۚ لِمَنِ ٱتَّقَىٰۗ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّكُمْ إِلَيْهِ تُحْشَرُونَ ٢٠٣

204. Ntumwa y'Imana! Burya mu bantu harimwo indyarya, uryoherwa n'ivyo ivuga mu kurondera ivy'isi, ikarahira ikarengwa ko ikunda ubwislamu, ikanubahuka kugira Imana Allah Icabona ku biri mu mutima wayo, kandi ari yo mwansi mubi w'ubwislamu;

وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يُعْجِبُكَ قَوْلُهُۥ فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا وَيُشْهِدُ ٱللَّهَ عَلَىٰ مَا فِى قَلْبِهِۦ وَهُوَ أَلَدُّ ٱلْخِصَامِ ٢٠٤

205. Ntumwa y'Imana! Iyo yikebanuye muvanye, irakerebuka ica hirya n'ino kw'isi mu bwononyi, kugira ngo ihonye ibiterwa n'ibitungwa. Burya Imana Allah ntikunda na gato ubwononyi;

وَإِذَا تَوَلَّىٰ سَعَىٰ فِى ٱلْأَرْضِ لِيُفْسِدَ فِيهَا وَيُهْلِكَ ٱلْحَرْثَ وَٱلنَّسْلَۚ وَٱللَّهُ لَا يُحِبُّ ٱلْفَسَادَ ٢٠٥

206. Iyo nya ndyarya ihanuwe iti: "Tinya Imana Allah maze wiyubare ibihano vyayo, uheze uvavanure n'ubwononyi", ica itwarwa n'ubwishime mu kubandanya ikora ivyaha. Kubera ivyo, irakwiye guhanwa mu muriro wa Jahannamu, n'ukuri ni na bwo busaswa bubi cane.

وَإِذَا قِيلَ لَهُ ٱتَّقِ ٱللَّهَ أَخَذَتْهُ ٱلْعِزَّةُ بِٱلْإِثْمِۚ فَحَسْبُهُۥ جَهَنَّمُۖ وَلَبِئْسَ ٱلْمِهَادُ ٢٠٦

207. Mu bantu harimwo kandi n'uwiguze ugushimwa n'Imana Allah mu guharanira idini ryayo. Burya Imana Allah ni na Yo Nyenikigongwe ku baja bayo b'abatoni.

وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يَشْرِى نَفْسَهُ ٱبْتِغَآءَ مَرْضَاتِ ٱللَّهِۗ وَٱللَّهُ رَءُوفٌۢ بِٱلْعِبَادِ ٢٠٧

208. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimufate nkama amabwirizwa yose y'ubwislamu, maze muyubahirize ata na rimwe mwirengagije muri yo, kandi ntimugakurikire inzira za shetani mu guca kubiri n'amabwirizwa yabwo. Mu vy'ukuri, shetani ni umwansi wanyu agaragara.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱدْخُلُواْ فِى ٱلسِّلْمِ كَآفَّةً وَلَا تَتَّبِعُواْ خُطُوَٰتِ ٱلشَّيْطَٰنِۚ إِنَّهُۥ لَكُمْ عَدُوٌّ مُّبِينٌ ٢٠٨

209. Nimwahusha inzira y'ukuri mu nyuma y'aho mushikiriwe n'ivyemezo bitomoye muri Qor'ani no mu nyigisho z'intumwa, muramenya ko Imana Allah ari Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

فَإِن زَلَلْتُم مِّنۢ بَعْدِ مَا جَآءَتْكُمُ ٱلْبَيِّنَٰتُ فَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ٢٠٩

210. Inyuma y'ivyo vyemezo rero, abagarariji nta kindi barindiriye kiretse igihe Imana Allah Yaje mu buryo buberanye n'icubahiro cayo, mu gitutu c'ibicu hamwe n'abamalayika ku musi w'izuka, ico gihe rero Ikazobacira urutunganye. Kandi rero ibiremwa vyose bizosubira kuri Yo kugira Ihembe kimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye.

هَلْ يَنظُرُونَ إِلَّآ أَن يَأْتِيَهُمُ ٱللَّهُ فِى ظُلَلٍ مِّنَ ٱلْغَمَامِ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةُ وَقُضِىَ ٱلْأَمْرُۚ وَإِلَى ٱللَّهِ تُرْجَعُ ٱلْأُمُورُ ٢١٠

[1] Ugucererwa kuva "Mina", ukavayo uhejeje gutera amabuye ku biterero ku musi ugira uw'icumi na gatatu, ni na vyo vyiza kuko ari ko Intumwa yabigenjeje.

211. Ntumwa y'Imana! Baza Bene Israyeli bakwihambazako, Twabahaye Aayah n'ivyemezo bitomoye bingahe biri mu Bitabu vyabo bahakanye, bakanabihindagura! Uwuzohindura inema y'idini ry'Imana Allah akayigarariza inyuma yuko imushikiriye akanayitahura, aramenya ko mu vy'ukuri Imana Allah Ihana Igahasha abagarariji.

سَلۡ بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ كَمۡ ءَاتَيۡنَٰهُم مِّنۡ ءَايَةم بَيِّنَةٖۗ وَمَن يُبَدِّلۡ نِعۡمَةَ ٱللَّهِ مِنۢ بَعۡدِ مَا جَآءَتۡهُ فَإِنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلۡعِقَابِ ٢١١

212. Ubuzima bwo kw'isi busharijwe n'ibihendamaso ku bahakana bivuye inyuma ko hariho Imana Imwe Rudende Allah, bakanasuzugura abemeramana. Abagamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, ku musi w'izuka bazoba bari hejuru yabo mu Bwami bw'ijuru. Burya Imana Allah Itanga Idaharuye ingabirano zayo ku wo Ishaka mu biremwa.

زُيِّنَ لِلَّذِينَ كَفَرُواْ ٱلۡحَيَوٰةُ ٱلدُّنۡيَا وَيَسۡخَرُونَ مِنَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْۘ وَٱلَّذِينَ ٱتَّقَوۡاْ فَوۡقَهُمۡ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِۗ وَٱللَّهُ يَرۡزُقُ مَن يَشَآءُ بِغَيۡرِ حِسَابٖ ٢١٢

213. Burya rero, abantu bari umugwi umwe mu kwemera Imana Imwe Rudende Allah hanyuma baracanamwo mw'idini, Imana Allah Iraheza Irungika Abavugishwamana bashikiriza inkuru nziza abumviramana ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru, bagabisha n'abagarariji ku bihano vy'umuriro. Yaranabarungikanye vy'ukuri Ibitabu bishimangira ukuri, kugira ngo bavyisunge mu gutunganiriza abantu ku vyo bahazanako. Nta bahazanye rero ku bijanye no kwemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) na Qor'ani, kiretse abahawe Igitabu ca Tawurati, inyuma y'aho bashikiriwe n'ivyemezo bitomoye biri muri co ko ari Intumwa y'ukuri, bikaba vyagenze ukwo ku kubera akadenderezo n'ishari bayifitiye. Ni ho rero Imana Allah Yaheza Ikarongora ku burenganzira bwayo, abemeye mu gutandukanya ukuri n'ikinyoma ku vyo bahazanyeko. Burya Imana Allah Irongora uwo Ishatse mu nzira yayo igororotse.

كَانَ ٱلنَّاسُ أُمَّةً وَٰحِدَةً فَبَعَثَ ٱللَّهُ ٱلنَّبِيِّـۧنَ مُبَشِّرِينَ وَمُنذِرِينَ وَأَنزَلَ مَعَهُمُ ٱلۡكِتَٰبَ بِٱلۡحَقِّ لِيَحۡكُمَ بَيۡنَ ٱلنَّاسِ فِيمَا ٱخۡتَلَفُواْ فِيهِۚ وَمَا ٱخۡتَلَفَ فِيهِ إِلَّا ٱلَّذِينَ أُوتُوهُ مِنۢ بَعۡدِ مَا جَآءَتۡهُمُ ٱلۡبَيِّنَٰتُ بَغۡيَۢا بَيۡنَهُمۡۖ فَهَدَى ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لِمَا ٱخۡتَلَفُواْ فِيهِ مِنَ ٱلۡحَقِّ بِإِذۡنِهِۦۗ وَٱللَّهُ يَهۡدِي مَن يَشَآءُ إِلَىٰ صِرَٰطٖ مُّسۡتَقِيمٍ ٢١٣

214. Bemeramana! Ahubwo rero, mwibaza none ko mwokwinjira mu Bwami bw'ijuru mutarashikirwa n'ibigeragezo nk'ivyashikiye abakurambere banyu mu kwemera! Barakozweko n'ubukene, indwara n'ubwoba, barahinda igisamagugu[1] bitewe n'ukuntu bageragejwe, gushika aho Intumwa n'abemeramana bari kumwe bavuga bati: "Intsinzi y'Imana Allah izoshika ryari?". Bantu! Nimwumve mwumvireho! Burya intsinzi iturutse ku Mana Allah iri hafi ku bemera.

أَمۡ حَسِبۡتُمۡ أَن تَدۡخُلُواْ ٱلۡجَنَّةَ وَلَمَّا يَأۡتِكُم مَّثَلُ ٱلَّذِينَ خَلَوۡاْ مِن قَبۡلِكُمۖ مَّسَّتۡهُمُ ٱلۡبَأۡسَآءُ وَٱلضَّرَّآءُ وَزُلۡزِلُواْ حَتَّىٰ يَقُولَ ٱلرَّسُولُ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مَعَهُۥ مَتَىٰ نَصۡرُ ٱللَّهِۗ أَلَآ إِنَّ نَصۡرَ ٱللَّهِ قَرِيبٞ ٢١٤

215. Muvugishwamana! Ingendanyi zawe zirakubaza ico zotanga n'abo zogiha! Zishure uti: "Ni ivyo mushoboye gutanga mu vyiza bivuye mu matungo yanyu

يَسۡـَٔلُونَكَ مَاذَا يُنفِقُونَۖ قُلۡ مَآ أَنفَقۡتُم مِّنۡ خَيۡرٖ فَلِلۡوَٰلِدَيۡنِ وَٱلۡأَقۡرَبِينَ وَٱلۡيَتَٰمَىٰ

[1] Guhinda igisamagugu, ni ukurengerwa n'ingorane ukabura aho witura.

mukabihereza abavyeyi, incuti za hafi mu muryango, impfuvyi, abakene hamwe rero n'abakehaniwe ku rugendo. N'ikindi ico ari co cose muzokora mu vyiza, mu vy'ukuri Imana Allah Irakizi kandi Izokibahembera".

وَٱلْمَسَٰكِينِ وَٱبْنِ ٱلسَّبِيلِ ۗ وَمَا تَفْعَلُوا۟ مِنْ خَيْرٍ فَإِنَّ ٱللَّهَ بِهِۦ عَلِيمٌ ﴿٢١٥﴾

216. Bemeramana! Mwarategetswe kurwana n'abagarariji kandi muri kamere k'umuntu mwanka indwano. Burya rero hari aho mwokwanka ikintu kandi kirimwo ineza kuri mwebwe; hari n'aho mwokunda ikintu kandi kirimwo inabi kuri mwebwe. Burya Imana Allah Irazi ikirimwo ineza kuri mwebwe, mu gihe mwebwe ata vyo muzi.

كُتِبَ عَلَيْكُمُ ٱلْقِتَالُ وَهُوَ كُرْهٌ لَّكُمْ ۖ وَعَسَىٰٓ أَن تَكْرَهُوا۟ شَيْـًٔا وَهُوَ خَيْرٌ لَّكُمْ ۖ وَعَسَىٰٓ أَن تُحِبُّوا۟ شَيْـًٔا وَهُوَ شَرٌّ لَّكُمْ ۗ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ وَأَنتُمْ لَا تَعْلَمُونَ ﴿٢١٦﴾

217. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana barakubaza ku bijanye n'indwano, ko irekuwe mu kwezi gutagatifu! Bishure uti: "Kurwana mu kwezi gutagatifu ni icaha gikomeye, ariko kuburagiza abantu kwinjira mw'idini ry'Imana Allah, guhakana Imana Allah, kubuza abantu kwinjira mu musigiti mutagatifu w'i Makka no kwomora mu gisagara c'i Makka Intumwa n'abemeramana, ni co caha gikomeye cane ku Mana Allah, gusumba icaha co kurwana mu kwezi gutagatifu. Kandi burya ibangikanyamana ryanyu, ni ribi cane kurusha kwica mu kwezi gutagatifu. Kandi rero abagarariji ntibazoreka kubarwanya gushika babakuye mw'idini ryanyu ry'ubwislamu mukabakurikira, nibaba bazobishobora! Uwo wese muri mwebwe rero, azota idini ryiwe akabakurikira, maze agapfa akiri umugarariji, uyo ari mu bantu ibikorwa vyabo bizohunguruka bikababera impfagusa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, abo ni na bo bantu rero bo mu muriro, bobo bazowubamwo ibihe bidahera.

يَسْـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلشَّهْرِ ٱلْحَرَامِ قِتَالٍ فِيهِ ۖ قُلْ قِتَالٌ فِيهِ كَبِيرٌ ۖ وَصَدٌّ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ وَكُفْرٌۢ بِهِۦ وَٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِ وَإِخْرَاجُ أَهْلِهِۦ مِنْهُ أَكْبَرُ عِندَ ٱللَّهِ ۚ وَٱلْفِتْنَةُ أَكْبَرُ مِنَ ٱلْقَتْلِ ۗ وَلَا يَزَالُونَ يُقَٰتِلُونَكُمْ حَتَّىٰ يَرُدُّوكُمْ عَن دِينِكُمْ إِنِ ٱسْتَطَٰعُوا۟ ۚ وَمَن يَرْتَدِدْ مِنكُمْ عَن دِينِهِۦ فَيَمُتْ وَهُوَ كَافِرٌ فَأُو۟لَٰٓئِكَ حَبِطَتْ أَعْمَٰلُهُمْ فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْـَٔاخِرَةِ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ أَصْحَٰبُ ٱلنَّارِ ۖ هُمْ فِيهَا خَٰلِدُونَ ﴿٢١٧﴾

218. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, abimutse bagata izabo, hamwe rero n'abitanga mu guharanira idini ry'Imana Allah, abo ni bo rero baziga kuronka impuhwe n'indishi z'Imana Allah. Burya Imana Allah ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَٱلَّذِينَ هَاجَرُوا۟ وَجَٰهَدُوا۟ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ ۙ أُو۟لَٰٓئِكَ يَرْجُونَ رَحْمَتَ ٱللَّهِ ۚ وَٱللَّهُ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٢١٨﴾

219. Muvugishwamana! Abislamu barakubaza ingingo ijanye no kunywa, kugura no kugurisha inzoga[1], hamwe rero n'ingingo ijanye no gukina urusimbi[2]! Bishure uti: "Vyompi birimwo ivyaha n'ubwononyi bikomeye mw'idini, mw'isesagurwa ry'amatungo n'isinzikazwa ry'amagara mu buzima. Harimwo n'inyungu rero ku bantu mu vy'isi, ariko ivyaha n'ubwononyi birimwo, bifise ingaruka mbi cane

۞ يَسْـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلْخَمْرِ وَٱلْمَيْسِرِ ۖ قُلْ فِيهِمَآ إِثْمٌ كَبِيرٌ وَمَنَٰفِعُ لِلنَّاسِ وَإِثْمُهُمَآ أَكْبَرُ مِن نَّفْعِهِمَا ۗ وَيَسْـَٔلُونَكَ مَاذَا يُنفِقُونَ ۖ قُلِ ٱلْعَفْوَ ۗ كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمُ ٱلْـَٔايَٰتِ لَعَلَّكُمْ تَتَفَكَّرُونَ ﴿٢١٩﴾

[1] Inzoga, ni ikintu ico ari co cose kiborera, caba ari ikinyobwa, icokurya canke ico kwimotereza.
[2] Urusimbi, ni ugukinira kuronka canke gutanga amahera hakoreshejwe urwenge.

kurusha inyungu zavyo[1]". Baranakubaza kandi urugero rw'ivyo botanga mu mperezwa ku bushake! Bishure uti: "Nimutange ikirenze ku vyo mukeneye". Ni nk'ukwo rero, Imana Allah Ibatomorera Aayah n'ingingo zayo kugira ngo mwiyumvire muheze mutahure icobagirira akamaro;

فِي ٱلدُّنْيَا وَٱلْآخِرَةِ ۗ وَيَسْـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلْيَتَٰمَىٰ ۖ قُلْ إِصْلَاحٌ لَّهُمْ خَيْرٌ ۖ وَإِن تُخَالِطُوهُمْ فَإِخْوَٰنُكُمْ ۚ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ ٱلْمُفْسِدَ مِنَ ٱلْمُصْلِحِ ۚ وَلَوْ شَآءَ ٱللَّهُ لَأَعْنَتَكُمْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ﴿٢٢٠﴾

220. kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Baranakubaza ku bijanye n'ico bokorera impfuvyi zitaragera mu bigero! Bishure uti: "Kuzitunganiriza ikizifitiye akamaro gusumba ni vyo vyiza. Nimwabana na zo mu buzima bwa misi yose, murazifata nka benewanyu mu kwemera maze muzitunganirize". Burya Imana Allah Irazi neza umwononyi n'uwurajwe ishinga no kuzitunganiriza. Iyo rero Imana Allah Ishaka, Yari kubaremereza mu kubabuza kubana na zo. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَلَا تَنكِحُوا۟ ٱلْمُشْرِكَٰتِ حَتَّىٰ يُؤْمِنَّ ۚ وَلَأَمَةٌ مُّؤْمِنَةٌ خَيْرٌ مِّن مُّشْرِكَةٍ وَلَوْ أَعْجَبَتْكُمْ ۗ وَلَا تُنكِحُوا۟ ٱلْمُشْرِكِينَ حَتَّىٰ يُؤْمِنُوا۟ ۚ وَلَعَبْدٌ مُّؤْمِنٌ خَيْرٌ مِّن مُّشْرِكٍ وَلَوْ أَعْجَبَكُمْ ۗ أُو۟لَٰٓئِكَ يَدْعُونَ إِلَى ٱلنَّارِ ۖ وَٱللَّهُ يَدْعُوٓا۟ إِلَى ٱلْجَنَّةِ وَٱلْمَغْفِرَةِ بِإِذْنِهِۦ ۖ وَيُبَيِّنُ ءَايَٰتِهِۦ لِلنَّاسِ لَعَلَّهُمْ يَتَذَكَّرُونَ ﴿٢٢١﴾

221. Bislamu! Ntimukabire ababangikanyamanakazi batabanje kwemera bakaba abislamu. Burya umuguranokazi atagira shinge na rugero yemera Imana Allah, ni we mwiza ahimbaye kuruta umubangikanyamanakazi n'aho mwomugomwa. Ntimugashingire ababangikanyamana batabanje kwemera bakaba abislamu. Burya umugurano atagira shinge na rugero yemera Imana Allah, ni we mwiza ahimbaye kuruta umubangikanyamana n'aho mwomugomwa. Abo babangikanyamana ni bo rero bararikira abantu kuja mu muriro, Imana Allah na Yo Ikararikira abaja bayo ku burenganzira bwayo, kuja mw'idini ryayo ry'ubwislamu rizobashikana mu Bwami bw'ijuru no kugumirizwa akabanga ku vyaha vyabo ntibibahanire, Ikanatomorera abantu Aayah n'ingingo zayo kugira ngo bibuke baheze bikebuke.

وَيَسْـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلْمَحِيضِ ۖ قُلْ هُوَ أَذًى فَٱعْتَزِلُوا۟ ٱلنِّسَآءَ فِى ٱلْمَحِيضِ وَلَا تَقْرَبُوهُنَّ حَتَّىٰ يَطْهُرْنَ ۖ فَإِذَا تَطَهَّرْنَ فَأْتُوهُنَّ مِنْ حَيْثُ أَمَرَكُمُ ٱللَّهُ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلتَّوَّٰبِينَ وَيُحِبُّ ٱلْمُتَطَهِّرِينَ ﴿٢٢٢﴾

222. Muvugishwamana! Barakubaza ku bijanye n'ubutinyanka. Bishure uti: "Ubutinyanka burabangamye! Muririnda rero kurangura amabanga y'abubatse mu gihe abakenyezi bari mu butinyanka. Ntimuzohirahire rero ngo murangurane na bo amabanga y'abubatse gushika babuvemwo baheze bihumanure mu kwiyuhagira. Nibabuvamwo bakiyuhagira, muraheza murangurane na bo amabanga y'abubatse aho murekuriwe n'Imana Allah.

[1] Iyi Aayah yamanutse ubwa mbere nk'integuza yo kuziririza inzoga n'urusimbi. Iyi Aayah rero yerekana na canecane ko inzoga n'urusimbi bifise ingaruka mbi cane ku muntu; biramusamaza mu kutaninahaza no kudasenga Imana Allah, bitera urwanko n'inzigo mu bantu, bituma kandi haba isesagurwa no kunyonora amatungo hakoreshejwe urwenge.

Mu vy'ukuri, Imana Allah Irakunda abigaya kenshi, Iranakunda abisukuye mu kwiyeza ivyaha n'umwanda".

نِسَآؤُكُمْ حَرْثٌ لَّكُمْ فَأْتُواْ حَرْثَكُمْ أَنَّىٰ شِئْتُمْ ۖ وَقَدِّمُواْ لِأَنفُسِكُمْ ۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّكُم مُّلَٰقُوهُ ۗ وَبَشِّرِ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٢٢٣﴾

223. Abakenyezi banyu ni zo ndimiro zanyu muteramwo intanga hakavuka abana. Kubera ivyo rero, nimurangurane n'abakenyezi banyu amabanga y'abubatse ahategetswe mu buryo bwose mwipfuza, munakore ibikorwa vyiza bitegetswe ku neza yanyu. Kandi rero mugamburukire Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, muheze mumenye ko muzohura na Yo ku musi w'izuka Ikabahembera ivyo mwakoze. Muvugishwamana! Kubera ivyo rero, shikiriza abemeramana inkuru nziza ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru.

وَلَا تَجْعَلُواْ ٱللَّهَ عُرْضَةً لِّأَيْمَٰنِكُمْ أَن تَبَرُّواْ وَتَتَّقُواْ وَتُصْلِحُواْ بَيْنَ ٱلنَّاسِ ۚ وَٱللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿٢٢٤﴾

224. Bislamu! Ntimukagire indahiro zanyu ku Mana Allah inzitizi ibabuza gukorera ineza benewanyu, kugamburukira Imana Allah, hamwe rero no gutunganiriza abantu[1]. Burya Imana Allah ni Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo mukora n'ivyo muzirikana.

لَّا يُؤَاخِذُكُمُ ٱللَّهُ بِٱللَّغْوِ فِىٓ أَيْمَٰنِكُمْ وَلَٰكِن يُؤَاخِذُكُم بِمَا كَسَبَتْ قُلُوبُكُمْ ۗ وَٱللَّهُ غَفُورٌ حَلِيمٌ ﴿٢٢٥﴾

225. Imana Allah ntizobahanira kwisubirako ku ndahiro zanyu murahiye ku kwihenda bidatewe no gushaka kwanyu, ariko Izobahanira kwisubirako ku ndahiro mwarahiriye nkana ku gushaka kwanyu, burya Imana Allah ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenubwitonzi-ntangere.

لِّلَّذِينَ يُؤْلُونَ مِن نِّسَآئِهِمْ تَرَبُّصُ أَرْبَعَةِ أَشْهُرٍ ۖ فَإِن فَآءُو فَإِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٢٢٦﴾

226. Abazorahira ko batazorangura amabanga y'abubatse n'abakenyezi babo mu buzima bwabo bwose canke mu kiringo kirenga amezi ane, bafise ikiringo c'amezi ane co kwisubirako, nibisubirako ku ndahiro imbere yuko amezi ane arangira, mu vy'ukuri Imana Allah Izobababarira, ni Nyenikigongwe-ntangere, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِنْ عَزَمُواْ ٱلطَّلَٰقَ فَإِنَّ ٱللَّهَ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿٢٢٧﴾

227. Nibapfundika ingingo yo kwahukana naho, bakaguma ku ndahiro yabo y'ukutarangura amabanga y'abubatse muri nya kiringo, mu vy'ukuri Imana Allah Irumva ivyo bavuga, Irazi neza n'ivyo bazirikana, kandi Izobibahembera.

وَٱلْمُطَلَّقَٰتُ يَتَرَبَّصْنَ بِأَنفُسِهِنَّ ثَلَٰثَةَ قُرُوٓءٍ ۚ وَلَا يَحِلُّ لَهُنَّ أَن يَكْتُمْنَ مَا خَلَقَ

228. Abakenyezi bahukanye bagishobora kuja mu butinyanka, bategerezwa kwarama (eda) ikiringo co kuja canke kuva mu butinyanka gatatu, kugira hamenyekane

[1] Aho ni mu gihe umuntu yorahira kw'Izina ry'Imana Allah kudakora kimwe muri ivyo bidondaguwe, ntibishemeye namba ko yoreka kubikora yitwaza ko adakwiye kurenga ku ndahiro, ahubwo araheza agakora nya vyiza, hanyuma akagira icuhagizo co kurenga ku ndahiro, agaheza rero agafungurira canke akambika abakene cumi, canke agaha ubwigenge umugurano, canke rero agapfunga imisi itatu.

ko boba bafise imbanyi. Muri ico kiringo, ntibarekuriwe kwabirwa, canke kunyegeza ico Imana Allah Yaremye mu bitereko vyabo; imbanyi canke ubutinyanka nibaba bemera vy'ukuri Imana Allah n'umusi w'imperuka. Abagabo babo muri ico kiringo, ni bo bafise uburenganzira bwo kubasubirana mu gihe bobikora ku neza mu ntumbero yo gusubiza hamwe. Abakenyezi na bo barafise uburenganzira n'agateka ku bagabo babo; nk'ako abagabo babo babafiseko ku neza. Kandi rero abagabo barafise agateka karenzeko ku bakenyezi gashingiye ku guhagararira no kubeshaho umuryango no gufata ingingo yo kwahukana. Burya rero Imana Allah ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

ٱللَّهُ فِيٓ أَرۡحَامِهِنَّ إِن كُنَّ يُؤۡمِنَّ بِٱللَّهِ وَٱلۡيَوۡمِ ٱلۡأٓخِرِۚ وَبُعُولَتُهُنَّ أَحَقُّ بِرَدِّهِنَّ فِي ذَٰلِكَ إِنۡ أَرَادُوٓاْ إِصۡلَٰحٗاۚ وَلَهُنَّ مِثۡلُ ٱلَّذِي عَلَيۡهِنَّ بِٱلۡمَعۡرُوفِۚ وَلِلرِّجَالِ عَلَيۡهِنَّ دَرَجَةٞۗ وَٱللَّهُ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ٢٢٨

229. Ukwahukana ubwo gusubirana ni incuro zibiri gusa. Muri ico gihe, ingingo yubahirizwa, ni ugusubirana bakabana ku neza, canke bakahukana hubahirijwe agateka n'icubahiro c'umukenyezi mu bugwaneza mu kutandagazwa. Kandi ntimurekuriwe gusaba gusubizwa na kimwe mu nkwano canke ibindi mwabahaye, kiretse mu gihe abubakanye botinya ko batubahiriza uburenganzira n'agateka k'abubatse, muri ico gihe rero baraheza bahanuze abahagarariye imiryango, abo nimwatinya ko abubakanye batokwubahiriza uburenganzira n'agateka k'abubatse, nta kibi kiri mu kwumvikana gusubizwa inkwano, kugira ngo umugabo aheze yemere kwahukana. Izo ngingo ni imbibe z'ibitegetswe n'Imana Allah ntimukazirengeko ngo mucike ibigaba. Abarenga imbibe z'ibitegetswe n'Imana Allah, abo rero ni bo birenganya.

ٱلطَّلَٰقُ مَرَّتَانِۖ فَإِمۡسَاكُۢ بِمَعۡرُوفٍ أَوۡ تَسۡرِيحُۢ بِإِحۡسَٰنٖۗ وَلَا يَحِلُّ لَكُمۡ أَن تَأۡخُذُواْ مِمَّآ ءَاتَيۡتُمُوهُنَّ شَيۡـٔٗا إِلَّآ أَن يَخَافَآ أَلَّا يُقِيمَا حُدُودَ ٱللَّهِۖ فَإِنۡ خِفۡتُمۡ أَلَّا يُقِيمَا حُدُودَ ٱللَّهِ فَلَا جُنَاحَ عَلَيۡهِمَا فِيمَا ٱفۡتَدَتۡ بِهِۦۗ تِلۡكَ حُدُودُ ٱللَّهِ فَلَا تَعۡتَدُوهَاۚ وَمَن يَتَعَدَّ حُدُودَ ٱللَّهِ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ٢٢٩

230. Umugabo niyahukana n'umugore wiwe rero ku ncuro igira gatatu, ntazoba arekuriwe kumwabira inyuma y'aho, kiretse abanje kwabirwa n'uwundi mugabo ku bushake bwabo bakarangurana n'amabanga y'abubatse. Ico gihe rero bishitse nya mugore akahukana canke agapfakara, nta caha kiri mu gusubirana n'urya wa mbere akamwabira bushasha, mu gihe bokwibwira ko bazokwubahiriza uburenganzira n'agateka k'abubatse nk'uko bitegetswe n'Imana Allah. Izo ngingo rero, ni imbibe ntarengwa z'Imana Allah Itomorera abantu bazi akamaro ko kuzubahiriza.

فَإِن طَلَّقَهَا فَلَا تَحِلُّ لَهُۥ مِنۢ بَعۡدُ حَتَّىٰ تَنكِحَ زَوۡجًا غَيۡرَهُۥۗ فَإِن طَلَّقَهَا فَلَا جُنَاحَ عَلَيۡهِمَآ أَن يَتَرَاجَعَآ إِن ظَنَّآ أَن يُقِيمَا حُدُودَ ٱللَّهِۗ وَتِلۡكَ حُدُودُ ٱللَّهِ يُبَيِّنُهَا لِقَوۡمٖ يَعۡلَمُونَ ٢٣٠

231. Nimwahukana n'abakenyezi banyu bakarama mu kiringo ca "eda[1]", nibaba bari mu guheza ico kiringo, murabagumya mushoboye kwubahiriza uburenganzira n'agateka k'abubatse, muheze mubasubirane ku neza, canke mubareke ku neza ico kiringo giheze. Ntimuzohirahire ngo mubagumye mu ntumbero yo kubahohotera mu kutubahiriza uburenganzira n'agateka k'abubatse. Uwuzogira ivyo, azoba yirenganije ku bihano bimurindiriye. Kandi rero ntimukagire Aayah n'ingingo z'Imana Allah itebura n'ifyinata. Muraheza mwibuke inema y'ubwislamu no gutomorerwa ingingo mwahawe n'Imana Allah, mwongere mwibuke kugendera Qor'ani n'imigenzo y'intumwa Yabamanuriye, Ibahanura ko mutobica kubiri. Muraheza rero mutinye Imana Allah mu kuyigamburukira mu vyo mukora, muheze mumenye kandi ko Imana Allah ari Nyenubumenyi ku vyo mukora vyose, kandi Izobibahembera.

وَإِذَا طَلَّقْتُمُ ٱلنِّسَآءَ فَبَلَغْنَ أَجَلَهُنَّ فَأَمْسِكُوهُنَّ بِمَعْرُوفٍ أَوْ سَرِّحُوهُنَّ بِمَعْرُوفٍ ۚ وَلَا تُمْسِكُوهُنَّ ضِرَارًا لِّتَعْتَدُوا۟ ۚ وَمَن يَفْعَلْ ذَٰلِكَ فَقَدْ ظَلَمَ نَفْسَهُۥ ۚ وَلَا تَتَّخِذُوٓا۟ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ هُزُوًا ۚ وَٱذْكُرُوا۟ نِعْمَتَ ٱللَّهِ عَلَيْكُمْ وَمَآ أَنزَلَ عَلَيْكُم مِّنَ ٱلْكِتَٰبِ وَٱلْحِكْمَةِ يَعِظُكُم بِهِۦ ۚ وَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَٱعْلَمُوٓا۟ أَنَّ ٱللَّهَ بِكُلِّ شَىْءٍ عَلِيمٌ ﴿٢٣١﴾

232. Nimwahukana n'abakenyezi banyu ubwo gusubirana, maze ikiringo co kwarama ca eda kigahera mutabasubiranye, ntimuzobabuze gusubira kwabirwa bushasha n'abahoze ari abagabo babo nibavyipfuza bakavyumvikana ku neza. Iyo ni impanuro ihabwa uwuzoba muri mwebwe yemera Imana Allah n'umusi w'imperuka. Ukutababuza gusubira kwabirwa, ni co kirimwo imigisha n'indishi nta ngere, hamwe rero n'icubahiro kuri mwebwe. Burya Imana Allah Irazi ibirimwo ineza yanyu mu gihe mwebwe ata vyo muzi.

وَإِذَا طَلَّقْتُمُ ٱلنِّسَآءَ فَبَلَغْنَ أَجَلَهُنَّ فَلَا تَعْضُلُوهُنَّ أَن يَنكِحْنَ أَزْوَٰجَهُنَّ إِذَا تَرَٰضَوْا۟ بَيْنَهُم بِٱلْمَعْرُوفِ ۗ ذَٰلِكَ يُوعَظُ بِهِۦ مَن كَانَ مِنكُمْ يُؤْمِنُ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ ۗ ذَٰلِكُمْ أَزْكَىٰ لَكُمْ وَأَطْهَرُ ۚ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ وَأَنتُمْ لَا تَعْلَمُونَ ﴿٢٣٢﴾

233. Abavyeyi[2] basabwa kwonsa abana babo imyaka ibiri ikwiriye ku wushaka kwonsa bikwiye. Muri ico gihe, ba se na bo basabwa gufungurira no kwambika abavyeyi bonsa ku neza hisunzwe ubushobozi bafise, kuko Imana Allah ntitegeka umuntu kiretse ico ashoboye. Umwana ntazobe inyendamuvano yo guhohotera nyina, eka ntazonabe inyendamuvano yo guhohotera se. Uwutorana mu gihe se yahwereye, na we ategetswe kwubahiriza ivyari bitegetswe umuhisi gufungurira no kwambika uwonsa. Mu gihe abo bavyeyi bokenera gucutsa uyo mwana bavyishakiye, bakavyumvikana ku neza y'uwo mwana imbere yuko imyaka ibiri ihera, nta caha kirimwo kuri bo. Nimwashaka naho kumwonkesha ku wundi muvyeyi atari nyina, nta caha kirimwo nimwatekerera nyina mukongera

۞ وَٱلْوَٰلِدَٰتُ يُرْضِعْنَ أَوْلَٰدَهُنَّ حَوْلَيْنِ كَامِلَيْنِ ۖ لِمَنْ أَرَادَ أَن يُتِمَّ ٱلرَّضَاعَةَ ۚ وَعَلَى ٱلْمَوْلُودِ لَهُۥ رِزْقُهُنَّ وَكِسْوَتُهُنَّ بِٱلْمَعْرُوفِ ۚ لَا تُكَلَّفُ نَفْسٌ إِلَّا وُسْعَهَا ۚ لَا تُضَآرَّ وَٰلِدَةٌۢ بِوَلَدِهَا وَلَا مَوْلُودٌ لَّهُۥ بِوَلَدِهِۦ ۚ وَعَلَى ٱلْوَارِثِ مِثْلُ ذَٰلِكَ ۗ فَإِنْ أَرَادَا فِصَالًا عَن تَرَاضٍ مِّنْهُمَا وَتَشَاوُرٍ فَلَا جُنَاحَ عَلَيْهِمَا ۗ وَإِنْ أَرَدتُّمْ أَن تَسْتَرْضِعُوٓا۟ أَوْلَٰدَكُمْ فَلَا جُنَاحَ عَلَيْكُمْ إِذَا سَلَّمْتُم مَّآ ءَاتَيْتُم

[1] Ukwaramira ukwahukana mu bwislamu, kuri mu bwoko bubiri: hari ukwaramira ukwahukana ubwo gusubirana. Kukaba ari kwo kuvugwa ng'aha aho abahukanye bashobora gusubirana mu gihe bovyipfuza imbere yuko ikiringo gitegekanijwe kirangira. Hakaba rero n'ukwaramira ukwahukana ubutagisubirana n'aho bovyipfuza.

[2] Ni mu gihe bahukanye bafise umwana yonka.

بِٱلۡمَعۡرُوفِۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ بِمَا تَعۡمَلُونَ بَصِيرٞ ٢٣٣

mugahereza uwumwonsa agashimwe ku neza hisunzwe imibereho y'aho hantu. Muraheza rero mutinye Imana Allah mu kuyigamburukira mu vyo mukora vyose, muheze mumenye kandi ko Imana Allah ivyo mukora vyose Ibibona neza, ni Nyenukubona, kandi Izobibahembera.

وَٱلَّذِينَ يُتَوَفَّوۡنَ مِنكُمۡ وَيَذَرُونَ أَزۡوَٰجٗا يَتَرَبَّصۡنَ بِأَنفُسِهِنَّ أَرۡبَعَةَ أَشۡهُرٖ وَعَشۡرٗاۖ فَإِذَا بَلَغۡنَ أَجَلَهُنَّ فَلَا جُنَاحَ عَلَيۡكُمۡ فِيمَا فَعَلۡنَ فِيٓ أَنفُسِهِنَّ بِٱلۡمَعۡرُوفِۚ وَٱللَّهُ بِمَا تَعۡمَلُونَ خَبِيرٞ ٢٣٤

234. N'abapfuye muri mwebwe abagabo bagasiga abakenyezi, abapfakazi bategetswe kugandarira abagabo babo ikiringo c'amezi ane n'imisi cumi[1]. Ico kiringo nibagiheza, nta caha kuri mwebwe muhagarikiye umuryango ku vyo bokora ku neza mu kwidegemvya mu ruja n'uruza, gushaza no kwabirwa bubahirije amategeko. Burya Imana Allah ivyo mukora vyose Irabizi, ni Muhetuziwavyose, kandi Izobibahembera.

وَلَا جُنَاحَ عَلَيۡكُمۡ فِيمَا عَرَّضۡتُم بِهِۦ مِنۡ خِطۡبَةِ ٱلنِّسَآءِ أَوۡ أَكۡنَنتُمۡ فِيٓ أَنفُسِكُمۡۚ عَلِمَ ٱللَّهُ أَنَّكُمۡ سَتَذۡكُرُونَهُنَّ وَلَٰكِن لَّا تُوَاعِدُوهُنَّ سِرًّا إِلَّآ أَن تَقُولُواْ قَوۡلٗا مَّعۡرُوفٗاۚ وَلَا تَعۡزِمُواْ عُقۡدَةَ ٱلنِّكَاحِ حَتَّىٰ يَبۡلُغَ ٱلۡكِتَٰبُ أَجَلَهُۥۚ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ يَعۡلَمُ مَا فِيٓ أَنفُسِكُمۡ فَٱحۡذَرُوهُۚ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ حَلِيمٞ ٢٣٥

235. Nta n'icaha kuri mwebwe abagabo, mu gihe mwogira icerekana mudahishutse ko mwipfuza kwabira abakenyezi bagandaye, canke baramye ubutagisubirana, eka nta n'icaha kuri mwebwe mu gihe mwokwipfuza kubabira mukabigumiza ku mutima ntimubiserure. Imana Allah Irazi ko muzogira ico mubavuzeko bakigandaye, ariko rero, ntimuzobizeze mw'ibanga ngo mugire ico mukoze[2] mwihererreye ico kiringo kitararangira, kiretse nko kubabwira akajambo keza[3]. Ntimuzotegure kubabira mu gihe bakigandaye imbere yuko ikiringo kirangira. Muraheza rero mumenye ko Imana Allah Izi ivyo muhishije mu mitima yanyu maze muyiyubare. Muheze mumenye kandi ko Imana Allah ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenubwitonzi-ntangere, ntiyihutira guhana.

لَّا جُنَاحَ عَلَيۡكُمۡ إِن طَلَّقۡتُمُ ٱلنِّسَآءَ مَا لَمۡ تَمَسُّوهُنَّ أَوۡ تَفۡرِضُواْ لَهُنَّ فَرِيضَةٗ وَمَتِّعُوهُنَّ عَلَى ٱلۡمُوسِعِ قَدَرُهُۥ وَعَلَى ٱلۡمُقۡتِرِ قَدَرُهُۥ مَتَٰعَۢا بِٱلۡمَعۡرُوفِۖ حَقًّا عَلَى ٱلۡمُحۡسِنِينَ ٢٣٦

236. Nta caha kuri mwebwe abagabo mu gihe mwokwahukana n'abakenyezi inyuma yo gushingirwa, imbere yuko murangurana amabanga y'abubatse canke mubagenera inkwano. Muraheza rero muri ico gihe mugire ico mubatekereye: uworohewe aramutekerera yisunze ubushobozi bwiwe, umukene na we aramutekerera yisunze ubushobozi bwiwe, kugira ngo amushumbushe ku neza. Iryo ni itegeko ryubahirizwa n'abagwaneza.

وَإِن طَلَّقۡتُمُوهُنَّ مِن قَبۡلِ أَن تَمَسُّوهُنَّ وَقَدۡ فَرَضۡتُمۡ لَهُنَّ فَرِيضَةٗ فَنِصۡفُ مَا فَرَضۡتُمۡ إِلَّآ أَن يَعۡفُونَ أَوۡ يَعۡفُوَاْ ٱلَّذِي بِيَدِهِۦ عُقۡدَةُ ٱلنِّكَاحِۚ وَأَن تَعۡفُوٓاْ أَقۡرَبُ

237. Nimwahukana n'abakenyezi rero inyuma yo gushingirwa, imbere yuko murangurana amabanga y'abubatse, mwaramaze kubagenera inkwano, ico gihe mutegerezwa kubahereza igice c'inkwano zumvikanweko, kiretse mu gihe abo bakenyezi bemeye kugiheba, canke abagabo bakemera kubahebera ikindi gice.

[1] Muri ico kiringo co kugandara, kirazira gusohoka mu rugo ata mvo ihambaye, gushaza hamwe rero no kwabirwa.
[2] Nko kubabira canke kubashurashuza.
[3] Nko kuvuga uti: "Abagabo barakeneye umukenyezi yiyubashe nkawe!".

لِلتَّقْوَىٰۚ وَلَا تَنسَوُاْ ٱلْفَضْلَ بَيْنَكُمْۚ إِنَّ ٱللَّهَ بِمَا تَعْمَلُونَ بَصِيرٌ ﴿٢٣٧﴾

Nimwaheberanira rero, ni vyo bizobegereza kurusha ku gutinya no kwumvira Imana Allah, kandi ntimuzokwibagire ineza n'ubugwaneza buri hagati yanyu. Mu vy'ukuri, Imana Allah ivyo mukora vyose Irabibona neza, ni Nyenukubona, kandi Izobibahembera.

حَٰفِظُواْ عَلَى ٱلصَّلَوَٰتِ وَٱلصَّلَوٰةِ ٱلْوُسْطَىٰ وَقُومُواْ لِلَّهِ قَٰنِتِينَ ﴿٢٣٨﴾

238. Bislamu! Nimutsimbatare mu kwamizako amasengesho-bwirizwa atanu akwije ibisabwa ku mwanya wayo, na canecane isengesho ryo hagati na hagati ryo ku muhingamo, muraheza kandi muhagarare mu masengesho mwicishije bugufi ku Mana Allah.

فَإِنْ خِفْتُمْ فَرِجَالًا أَوْ رُكْبَانًاۖ فَإِذَآ أَمِنتُمْ فَٱذْكُرُواْ ٱللَّهَ كَمَا عَلَّمَكُم مَّا لَمْ تَكُونُواْ تَعْلَمُونَ ﴿٢٣٩﴾

239. Nimwatinya ko umwansi yobubira muri mw'isengesho akabatera, murasenga muriko muragenda canke muri ku bitwazi uko bibashobokeye kwose; nko gukoresha ibimenyetso canke kudatumbera ubutumbero bwo gusenga[1]. Nimwatekana, muraheza rero musenge isengesho ry'uwutekanye rikwije ibisabwa, maze muninahaze Imana Allah muyishimira ku ngingo n'amabwirizwa Yabigishije vyerekeye ukuyiyegereza, mutari gupfa mubimenye.

وَٱلَّذِينَ يُتَوَفَّوْنَ مِنكُمْ وَيَذَرُونَ أَزْوَٰجًا وَصِيَّةً لِّأَزْوَٰجِهِم مَّتَٰعًا إِلَى ٱلْحَوْلِ غَيْرَ إِخْرَاجٍۚ فَإِنْ خَرَجْنَ فَلَا جُنَاحَ عَلَيْكُمْ فِى مَا فَعَلْنَ فِىٓ أَنفُسِهِنَّ مِن مَّعْرُوفٍۗ وَٱللَّهُ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ﴿٢٤٠﴾

240. Abazoba bari ku mpfiro muri mwebwe abagabo, bagapfa basize abakenyezi, barasiga baraze ko abakenyezi babo boguma baba mu nzu zabo umwaka wose atawubakomakoma, kuva umusi bapfiriyeko, mu ntumbero yo kubashumbusha. Nibazivamwo ku bushake bwabo imbere yuko uwo mwaka urangira, nta caha kuri mwebwe abasigwa mu vyo nya bapfakazi bakoze birekuwe. Burya Imana Allah ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora[2].

وَلِلْمُطَلَّقَٰتِ مَتَٰعٌۢ بِٱلْمَعْرُوفِۖ حَقًّا عَلَى ٱلْمُتَّقِينَ ﴿٢٤١﴾

241. Abakenyezi bahukanye, baratekererwa ku neza icobabeshaho n'impuzu, hisunzwe ubushobozi bw'umuhisi. Iryo ni itegeko ryubahirizwa n'abagamburukiramana.

كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمْ ءَايَٰتِهِۦ لَعَلَّكُمْ تَعْقِلُونَ ﴿٢٤٢﴾

242. Ni nk'uko nyene rero - izo ngingo zitomoye mu vyerekeye agateka k'abakenyezi n'abana - Imana Allah Itomora Aayah n'amabwirizwa yayo ku vyo mukeneye, kugira ngo muyategere muheze muyagendere.

۞أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ خَرَجُواْ مِن دِيَٰرِهِمْ وَهُمْ أُلُوفٌ حَذَرَ ٱلْمَوْتِ فَقَالَ لَهُمُ ٱللَّهُ مُوتُواْ ثُمَّ أَحْيَٰهُمْۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَذُو فَضْلٍ عَلَى

243. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye inkuru y'abataye izabo, bagahunga ari ibihumbi n'ibihumbagiza batinya kwicwa n'indwara y'akaranda canke indwano y'akaranda, hanyuma Imana Allah Ikababwira Iti: "Nimupfe", bagaca bapfira rimwe bose, hanyuma Ibasubiza ubuzima kugira ngo bakwize imyaka Yabageneye kubaho, kugira bikebuke, bigaye! Mu

[1] Iri sengesho ryitwa "swalaatu l-Khawf" isengesho ry'uwutekewe n'ubwoba.
[2] Ingingo ziri muri iyi Aayah zasubiriwe n'iziri muri Aayah ya 234 muri iki gisomwa c'Inka.

vy'ukuri, Imana Allah ni Nyeningabirano nyinshi ku bantu, ariko rero abenshi mu bantu ntibashima.

ٱلنَّاسِ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَشۡكُرُونَ ٢٤٣

244. Bislamu! Nimurwanire idini ry'Imana Allah, muheze mumenye kandi ko Imana Allah ari Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi ivyo mukora n'ivyo muzirikana.

وَقَٰتِلُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ سَمِيعٌ عَلِيمٞ ٢٤٤

245. Ni nde yogurana Imana Allah ingurane nziza agatanga mu nzira yayo, maze Ikamugwiriza indishi yayo incuro nyinshi nta ngere! Burya Imana Allah Iragumya ingabirano zayo Ikagerera umukene, Ikanazirekura Igaha umutunzi umusesekara. Nimutange rero mu vyo Ibaha mutitangiriye itama, ni no kuri Yo muzosubizwa mumaze gupfa kugira muharurirwe, muheze muhemberwe ivyo mwakoze.

مَّن ذَا ٱلَّذِي يُقۡرِضُ ٱللَّهَ قَرۡضًا حَسَنٗا فَيُضَٰعِفَهُۥ لَهُۥٓ أَضۡعَافٗا كَثِيرَةٗۚ وَٱللَّهُ يَقۡبِضُ وَيَبۡصُۜطُ وَإِلَيۡهِ تُرۡجَعُونَ ٢٤٥

246. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye inkuru y'abatewe iteka muri Bene Israyeli, inyuma yuko Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) itari ikiriho! Igihe basaba Umuvugishwamana wabo bati: "Twimikire umwami aturongore mu guharanira idini ry'Imana Allah, maze turwanye abansi bacu!" Na we abishura ati: "Ubwo ntivyoshika, mu gihe mwotegekwa kurwana ko mutorwana?". Na bo barishura bati: "Ni igiki cotubuza kurwanira idini ry'Imana Allah, mu gihe twamaze kwomorwa mu zacu hamwe n'abana bacu?". Kukaba nkako, Imana Allah Imaze kubategeka kurwana barongowe n'uyo mwami, bagenjeje umugongo barisubirako kiretse bake muri bo. Burya Imana Allah ni Yo Izi neza abirenganya mu kutubahiriza isezerano.

أَلَمۡ تَرَ إِلَى ٱلۡمَلَإِ مِنۢ بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ مِنۢ بَعۡدِ مُوسَىٰٓ إِذۡ قَالُواْ لِنَبِيّٖ لَّهُمُ ٱبۡعَثۡ لَنَا مَلِكٗا نُّقَٰتِلۡ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِۖ قَالَ هَلۡ عَسَيۡتُمۡ إِن كُتِبَ عَلَيۡكُمُ ٱلۡقِتَالُ أَلَّا تُقَٰتِلُواْۖ قَالُواْ وَمَا لَنَآ أَلَّا نُقَٰتِلَ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَقَدۡ أُخۡرِجۡنَا مِن دِيَٰرِنَا وَأَبۡنَآئِنَاۖ فَلَمَّا كُتِبَ عَلَيۡهِمُ ٱلۡقِتَالُ تَوَلَّوۡاْ إِلَّا قَلِيلٗا مِّنۡهُمۡۗ وَٱللَّهُ عَلِيمُۢ بِٱلظَّٰلِمِينَ ٢٤٦

247. Umuvugishwamana wabo yababwiye ati: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamaze kubarungikira Twaluti ngo ababere Umwami, yongere abarongore mu kurwanya umwansi nk'uko mwabisavye". Abatewe iteka muri bo barishura n'ubwishime n'akantu bati: "Vyoshoboka gute ko Twaluti aba umwami wacu, kandi umwami akwiye gutorwa muri twebwe, akaba ata n'ubutunzi yahawe!". Umuvugishwamana araheza ababwira ati: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Yaramubahitiyemwo, Imwongerereza ubumenyi n'inguvu bimushoboza kurwanya umwansi, kandi rero Imana Allah Iha ubwami bwayo uwo Ishatse mu baja bayo. Burya Imana Allah ni Nyeningabirano-ntangere, Nyenubumenyikurivyose".

وَقَالَ لَهُمۡ نَبِيُّهُمۡ إِنَّ ٱللَّهَ قَدۡ بَعَثَ لَكُمۡ طَالُوتَ مَلِكٗاۚ قَالُوٓاْ أَنَّىٰ يَكُونُ لَهُ ٱلۡمُلۡكُ عَلَيۡنَا وَنَحۡنُ أَحَقُّ بِٱلۡمُلۡكِ مِنۡهُ وَلَمۡ يُؤۡتَ سَعَةٗ مِّنَ ٱلۡمَالِۚ قَالَ إِنَّ ٱللَّهَ ٱصۡطَفَىٰهُ عَلَيۡكُمۡ وَزَادَهُۥ بَسۡطَةٗ فِي ٱلۡعِلۡمِ وَٱلۡجِسۡمِۖ وَٱللَّهُ يُؤۡتِي مُلۡكَهُۥ مَن يَشَآءُۚ وَٱللَّهُ وَٰسِعٌ عَلِيمٞ ٢٤٧

248. Umuvugishwamana wabo abandanya ababwira ati: "Ikimenyetso c'ubwami bwiwe, ni uko azoza afise isandugu ririmwo Tawurati mwanyazwe n'abansi banyu,

وَقَالَ لَهُمۡ نَبِيُّهُمۡ إِنَّ ءَايَةَ مُلۡكِهِۦٓ أَن يَأۡتِيَكُمُ ٱلتَّابُوتُ فِيهِ سَكِينَةٞ مِّن

harimwo n'ituze rivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, hamwe rero na bimwe mu bisigi[1] vyasizwe n'umuryango w'Intumwa y'Imana Musa n'uw'Intumwa y'Imana Haruna (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah), bikaza bireruwe n'abamalayika". Mu vy'ukuri muri ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ikimenyetso gihambaye kuri mwebwe ko Twaluti yarungitswe koko kw'itegeko ry'Imana Allah nimwaba mwemera Imana Allah n'Intumwa zayo.

رَبِّكُمْ وَبَقِيَّةٌ مِّمَّا تَرَكَ ءَالُ مُوسَىٰ وَءَالُ هَٰرُونَ تَحْمِلُهُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَةً لَّكُمْ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿٢٤٨﴾

249. Umwami Twaluti rero amaze gusohoka n'ingabo ziwe agiye kurwana n'umwansi, yabwiye ingabo ziwe ati: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Ihava Ibagerageza ko mwihangana nimwagera ku ruzi muhava mujabuka, uwuza kunywa muri rwo ntituzoba turi kumwe ku rugamba; uwutaza kunywa muri rwo, uyo tuzoba turi kumwe kiretse gusa uwonywa urushi rumwe. Bamaze rero gushika kuri rwa ruzi baranyoye amazi bararenza, kiretse bake muri bo banyoye urushi rumwerumwe gusa. Twaluti amaze kujabuka rwa ruzi ari kumwe n'abemeramana bake basigaye[2], bamaze kubona ubwinshi mu gitigiri n'ibirwanisho vy'abansi, bavuze bati: "Nta nguvu dufise kuri uyu musi zo kurwanya Jaluti n'ingabo ziwe". Abizeye ko bazohura n'Imana Allah barishuye bibutsa bagenzi babo ubushobozi bw'Imana Allah, bati: "Ni kangahe umugwi w'abantu bake bemera, batsinze umugwi w'abantu benshi b'abagarariji ku bushobozi bw'Imana Allah! Burya Imana Allah Iri kumwe n'abihangana mu kubatera intege no kubashikana ku ntsinzi".

فَلَمَّا فَصَلَ طَالُوتُ بِٱلْجُنُودِ قَالَ إِنَّ ٱللَّهَ مُبْتَلِيكُم بِنَهَرٍ فَمَن شَرِبَ مِنْهُ فَلَيْسَ مِنِّى وَمَن لَّمْ يَطْعَمْهُ فَإِنَّهُۥ مِنِّىٓ إِلَّا مَنِ ٱغْتَرَفَ غُرْفَةًۢ بِيَدِهِۦ ۚ فَشَرِبُوا۟ مِنْهُ إِلَّا قَلِيلًا مِّنْهُمْ ۚ فَلَمَّا جَاوَزَهُۥ هُوَ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ مَعَهُۥ قَالُوا۟ لَا طَاقَةَ لَنَا ٱلْيَوْمَ بِجَالُوتَ وَجُنُودِهِۦ ۚ قَالَ ٱلَّذِينَ يَظُنُّونَ أَنَّهُم مُّلَٰقُوا۟ ٱللَّهِ كَم مِّن فِئَةٍ قَلِيلَةٍ غَلَبَتْ فِئَةً كَثِيرَةًۢ بِإِذْنِ ٱللَّهِ ۗ وَٱللَّهُ مَعَ ٱلصَّٰبِرِينَ ﴿٢٤٩﴾

250. Bamaze kubonana imbonankubone na Jaluti ari kumwe n'ingabo ziwe, baratumbereye Imana Allah batakamba bati: "Mana yacu Rurema Allah! Ducucagire ukwihangana, Wongere Utsimbataze amaguru yacu ntiduhunge urugamba, Uduhe no gutsinda abagarariji".

وَلَمَّا بَرَزُوا۟ لِجَالُوتَ وَجُنُودِهِۦ قَالُوا۟ رَبَّنَآ أَفْرِغْ عَلَيْنَا صَبْرًا وَثَبِّتْ أَقْدَامَنَا وَٱنصُرْنَا عَلَى ٱلْقَوْمِ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٢٥٠﴾

251. Ni ho rero bahavuye babatsinda ku bushobozi bw'Imana Allah, Dawudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah) araheza arica Jaluti umukuru w'izo ngabo, maze Imana Allah Ica Imuha ubwami n'ubutumwa kuri Bene Israyeli, Imwigisha n'ivyo Ishaka mu bumenyi. Iyo rero Imana Allah Itaja Iraha inkomezi abemeramana ngo batsinde abagarariji, isi yari kwuzura ubwononyi bitewe n'ukuganza kw'abagarariji, ariko rero Imana Allah ni Nyeningabirano ku biremwa vyose.

فَهَزَمُوهُم بِإِذْنِ ٱللَّهِ وَقَتَلَ دَاوُۥدُ جَالُوتَ وَءَاتَىٰهُ ٱللَّهُ ٱلْمُلْكَ وَٱلْحِكْمَةَ وَعَلَّمَهُۥ مِمَّا يَشَآءُ ۗ وَلَوْلَا دَفْعُ ٱللَّهِ ٱلنَّاسَ بَعْضَهُم بِبَعْضٍ لَّفَسَدَتِ ٱلْأَرْضُ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ ذُو فَضْلٍ عَلَى ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٢٥١﴾

[1] Nk'inkoni n'ibisigarira vy'Imizingo yanditseko amabwirizwa Imana Allah Yahaye Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah).
[2] Barenga gato abantu amajana atatu na cumi.

252. Muvugishwamana! Ivyo ni ibimenyetso n'ivyemezo vy'Imana Allah, Tukwiganira vy'ukuri. Kandi mu vy'ukuri wewe, ni ukuri uri imwe mu Ntumwa zacu.

تِلْكَ ءَايَٰتُ ٱللَّهِ نَتْلُوهَا عَلَيْكَ بِٱلْحَقِّ ۚ وَإِنَّكَ لَمِنَ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿٢٥٢﴾

253. Izo Ntumwa rero, muri zo hari izo Twebwe Allah Twahaye icubahiro kuruta izindi mu nema; muri zo, harimwo izo Imana Allah Yavugishije (nk'Intumwa Musa na Muhamadi, za nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)[1], hakaba n'izo Yahaye icubahiro co hejuru (nk'Intumwa Muhamadi nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)[2]. Twaranahaye Intumwa Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ibitangaro bigaragara vyemeza ko ari Intumwa y'Imana[3], Twongera Tumuteza intege Mutimamweranda Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah). Iyo rero Imana Allah Ishaka ko abaje mu nyuma y'izo Ntumwa batarwana mu nyuma y'aho bashikiriwe n'ivyemezo bigaragaza ukuri, ntibari kurwana, ariko rero baracanyemwo mu guhazana, muri bo hari abatsimbataye ku kwemera, hari n'abagararije. Iyo Imana Allah Ishaka inyuma y'ukwo gucanamwo mu guhazana kwatumye barwana, ntibari kurwana, ariko Imana Allah Ishoboza kuyumvira no kuyemera uwo Ishatse, Igatetereza mu bagarariji uwo Ishatse, kuko Ikora ivyo Ishatse.

تِلْكَ ٱلرُّسُلُ فَضَّلْنَا بَعْضَهُمْ عَلَىٰ بَعْضٍ ۘ مِّنْهُم مَّن كَلَّمَ ٱللَّهُ ۖ وَرَفَعَ بَعْضَهُمْ دَرَجَٰتٍ ۚ وَءَاتَيْنَا عِيسَى ٱبْنَ مَرْيَمَ ٱلْبَيِّنَٰتِ وَأَيَّدْنَٰهُ بِرُوحِ ٱلْقُدُسِ ۗ وَلَوْ شَآءَ ٱللَّهُ مَا ٱقْتَتَلَ ٱلَّذِينَ مِنۢ بَعْدِهِم مِّنۢ بَعْدِ مَا جَآءَتْهُمُ ٱلْبَيِّنَٰتُ وَلَٰكِنِ ٱخْتَلَفُوا۟ فَمِنْهُم مَّنْ ءَامَنَ وَمِنْهُم مَّن كَفَرَ ۚ وَلَوْ شَآءَ ٱللَّهُ مَا ٱقْتَتَلُوا۟ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ يَفْعَلُ مَا يُرِيدُ ﴿٢٥٣﴾

254. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza amabwirizwa yayo! Nimutange ishikanwa-bwirizwa n'imperezwa mu vyo Imana Allah Yabaronkeje, imbere yuko mushikirwa n'umusi w'izuka ry'ibiremwa, aho ata rudandazwa ruzokorwa ngo rwunguke ruheze rubagombore mu bihano vy'Imana Allah, nta n'ubugenzi eka nta n'ivugira bizogira ico bibamariye. Burya abagarariji ni bo birenganya mu kurenga imbibe z'ivyaziririjwe n'Imana Allah.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ أَنفِقُوا۟ مِمَّا رَزَقْنَٰكُم مِّن قَبْلِ أَن يَأْتِىَ يَوْمٌ لَّا بَيْعٌ فِيهِ وَلَا خُلَّةٌ وَلَا شَفَٰعَةٌ ۗ وَٱلْكَٰفِرُونَ هُمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ﴿٢٥٤﴾

255. Allah ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, Nyenubugingo budashira nk'uko buyikwiye, Umuhagarikizi w'ibiremwa Yikwije muri vyose. Ntihunikira (Ntihunyiza) eka Ntinasinzira. Ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo. Nta n'umwe yokwubahuka kuvugira uwundi imbere yayo, kiretse ku burenganzira buvuye kuri Yo. Ni Yo Izi bikwiye inkuru z'ibiremwa vyose, kahise, kubu na kazoza kavyo.

ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ٱلْحَىُّ ٱلْقَيُّومُ ۚ لَا تَأْخُذُهُۥ سِنَةٌ وَلَا نَوْمٌ ۚ لَّهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ۗ مَن ذَا ٱلَّذِى يَشْفَعُ عِندَهُۥٓ إِلَّا بِإِذْنِهِۦ ۚ يَعْلَمُ مَا بَيْنَ أَيْدِيهِمْ وَمَا خَلْفَهُمْ ۖ وَلَا يُحِيطُونَ بِشَىْءٍ مِّنْ عِلْمِهِۦٓ إِلَّا بِمَا

[1] Muri iyi Aayah harimwo icemezo c'uko Imana Allah Ivuga mu buryo buberanye n'icubahiro cayo.
[2] Kuko yarungitswe ku bantu bose hamwe n'amajini, yasozereye Intumwa hamwe n'Abavugishwamana bose, hamwe rero no guha abantu yarungitsweko bakayemera, icubahiro gisumba iyindi migwi yarungikiwe izindi Ntumwa, n'ibindi.
[3] Nk'ukuvura uwavutse ari impumyi ku bushobozi bw'Imana Allah, uwavukanye indwara zo ku ruhu ku bushobozi bw'Imana Allah, gusubiza ubuzima abapfuye ku bushobozi bw'Imana Allah.

Nta n'umwe ashoboye kumenya na kimwe mu bumenyi bwayo kiretse ivyo Yo Yonyene Ishatse ko amenya. Ubuvyagiro bw'Ibirenge vyayo bukwiriye amajuru n'isi, kandi ntibiyiruhije kubungabunga amajuru n'isi. Ni na Yo rero Nyenicubahirogisumbavyose, Nyenicubahiro-ntangere[1].

شَآءَ ۚ وَسِعَ كُرۡسِيُّهُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ ۖ وَلَا يَـُٔودُهُۥ حِفۡظُهُمَا ۚ وَهُوَ ٱلۡعَلِيُّ ٱلۡعَظِيمُ ٢٥٥

256. Nta winjira mw'idini ry'ubwislamu ku gahato, kuko ryikwije kandi ritomoye, ukuri n'uburongozi biratomoye kuruta ikinyoma n'uguhuba. Uwugararije ibigirwamana vyo mu bwoko bwose[2] agaheza akemera Imana Allah, ni ukuri nta nkeka ko aba afashe ipfundo ry'idini ritigera ripfunduruka. Burya Imana Allah ni Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'abaja bayo; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo bakora n'ivyo bazirikana, kandi Izobibahembera.

لَآ إِكۡرَاهَ فِي ٱلدِّينِۖ قَد تَّبَيَّنَ ٱلرُّشۡدُ مِنَ ٱلۡغَيِّۚ فَمَن يَكۡفُرۡ بِٱلطَّٰغُوتِ وَيُؤۡمِنۢ بِٱللَّهِ فَقَدِ ٱسۡتَمۡسَكَ بِٱلۡعُرۡوَةِ ٱلۡوُثۡقَىٰ لَا ٱنفِصَامَ لَهَاۗ وَٱللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ٢٥٦

257. Imana Allah ni Yo Muhagarikizi w'abemeramana mu kubatabara no mu kubabungabunga, Ibakura mu muzimagiza w'ubugararij Ikabaganisha mu muco w'ukwemera. Nayo abagararije, abahagarikizi babo n'ibigirwamana basenga mu gishingo c'Imana Allah, bibakura mu muco w'ukwemera bikabaganisha mu muzimagiza w'ubugararij, abo rero ni bo bantu bo mu muriro, bobo bazowubamwo ibihe bidahera.

ٱللَّهُ وَلِيُّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ يُخۡرِجُهُم مِّنَ ٱلظُّلُمَٰتِ إِلَى ٱلنُّورِۖ وَٱلَّذِينَ كَفَرُوٓاْ أَوۡلِيَآؤُهُمُ ٱلطَّٰغُوتُ يُخۡرِجُونَهُم مِّنَ ٱلنُّورِ إِلَى ٱلظُّلُمَٰتِۗ أُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلنَّارِۖ هُمۡ فِيهَا خَٰلِدُونَ ٢٥٧

258. Ntumwa y'Imana! Mbega urabona igitangaje kiruta ukuntu uwuraho yahariiye n'Intumwa y'Imana Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), ku bijanye n'ukwemera Imana yiwe Rurema Allah, ku kubera ko Imana Allah Yamuhaye ubwami maze akihambaza! Igihe yabaza Intumwa Ibrahimu ati: "Imana yawe Rurema ni nde?". Intumwa Ibrahimu iraheza iramwishura iti: "Imana yanje Rurema, ni Irya Iha ibiremwa ubuzima bikabaho, Ikongera Ikavyaka ubuzima bigapfa". Na we ati: "Jewe ndatanga ubuzima nkongera nkica uwo nshatse". Intumwa Ibrahimu ivuga iti: "Mu vy'ukuri Imana nsenga, Iserura izuba mu buseruko, enda rero na we riserure mu burengero!". Ni ho wa mugararij yajumararirwa ubwanwa bupfuka umunwa. Burya Imana Allah ntirongora mu nzira y'ukuri abirenganya ku bugaba bwabo.

أَلَمۡ تَرَ إِلَى ٱلَّذِي حَآجَّ إِبۡرَٰهِـۧمَ فِي رَبِّهِۦٓ أَنۡ ءَاتَىٰهُ ٱللَّهُ ٱلۡمُلۡكَ إِذۡ قَالَ إِبۡرَٰهِـۧمُ رَبِّيَ ٱلَّذِي يُحۡيِۦ وَيُمِيتُ قَالَ أَنَا۠ أُحۡيِۦ وَأُمِيتُۖ قَالَ إِبۡرَٰهِـۧمُ فَإِنَّ ٱللَّهَ يَأۡتِي بِٱلشَّمۡسِ مِنَ ٱلۡمَشۡرِقِ فَأۡتِ بِهَا مِنَ ٱلۡمَغۡرِبِ فَبُهِتَ ٱلَّذِي كَفَرَۗ وَٱللَّهُ لَا يَهۡدِي ٱلۡقَوۡمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ٢٥٨

259. Canke ga Ntumwa y'Imana! Urabona nka wa muntu yaca mu gacimbiri imihana yako yasenyaguwe hagahona n'abakababamwo, araheza avuga yitangaza ati: "Ni gute Imana Allah Yosubiza ubuzima aka gacimbiri mu nyuma y'ihonywa ryako!". Imana Allah Iraheza Imwaka ubuzima

أَوۡ كَٱلَّذِي مَرَّ عَلَىٰ قَرۡيَةٖ وَهِيَ خَاوِيَةٌ عَلَىٰ عُرُوشِهَا قَالَ أَنَّىٰ يُحۡيِۦ هَٰذِهِ ٱللَّهُ بَعۡدَ مَوۡتِهَاۖ فَأَمَاتَهُ ٱللَّهُ مِاْئَةَ عَامٖ ثُمَّ بَعَثَهُۥۖ قَالَ

[1] Iyi ni yo Aayah ihambaye gusumba izindi muri Qor'ani. Yitwa Aayatu l-Kursiy.

[2] Ibigirwamana vyo mu bwoko bwose "TWAAGHUUT", ni ikiremwa ico ari co cose gisengwa mu gishingo c'Imana Allah, gishimishwa n'iryo sengwa.

كَمْ لَبِثْتَۖ قَالَ لَبِثْتُ يَوْمًا أَوْ بَعْضَ يَوْمٍۖ قَالَ بَل لَّبِثْتَ مِاْئَةَ عَامٍ فَٱنظُرْ إِلَىٰ طَعَامِكَ وَشَرَابِكَ لَمْ يَتَسَنَّهْۖ وَٱنظُرْ إِلَىٰ حِمَارِكَ وَلِنَجْعَلَكَ ءَايَةً لِّلنَّاسِۖ وَٱنظُرْ إِلَى ٱلْعِظَامِ كَيْفَ نُنشِزُهَا ثُمَّ نَكْسُوهَا لَحْمًاۚ فَلَمَّا تَبَيَّنَ لَهُۥ قَالَ أَعْلَمُ أَنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٢٥٩﴾

arapfa araheza amara imyaka ijana, hanyuma Iramuzura Imusubiza ubuzima, maze Iramubaza Iti: “Mbega wari umaze imyaka ingahe warapfuye!”. Arishura ati: “Nari maze umusi umwe canke igice c’umusi”. Imana Imubwira Iti: “Ahubwo wari umaze imyaka ijana warapfuye! Ehe mbere raba imfungurwa n’ibinyobwa vyawe Twarabibungabunze ntivyabora, raba n’indogobwe yawe rero ukuntu Tuyisubiza ubuzima kugira ngo Tukugire ku bantu ikimenyetso c’ubushobozi bw’Imana Allah bwo kuzura ibiremwa; ehe raba amagufa ukuntu Tuyasubiranya hanyuma Tukayambika inyama Tugasubiza nya ndogobwe ubuzima! Wa muntu, amaze kwibonera n’amaso yiwe iryo zuka, yashotse yemanga ko Imana Allah ari Mushoboravyose.

وَإِذْ قَالَ إِبْرَٰهِـۧمُ رَبِّ أَرِنِى كَيْفَ تُحْىِ ٱلْمَوْتَىٰۖ قَالَ أَوَلَمْ تُؤْمِنۖ قَالَ بَلَىٰ وَلَٰكِن لِّيَطْمَئِنَّ قَلْبِىۖ قَالَ فَخُذْ أَرْبَعَةً مِّنَ ٱلطَّيْرِ فَصُرْهُنَّ إِلَيْكَ ثُمَّ ٱجْعَلْ عَلَىٰ كُلِّ جَبَلٍ مِّنْهُنَّ جُزْءًا ثُمَّ ٱدْعُهُنَّ يَأْتِينَكَ سَعْيًاۚ وَٱعْلَمْ أَنَّ ٱللَّهَ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ﴿٢٦٠﴾

260. Ntumwa y’Imana! Ibuka igihe Intumwa y’Imana Ibrahimu (nyakugira amahoro y’Imana Allah) yasaba kwibonera ukuntu izurwa ry’ibiremwa riba, ikavuga iti: “Mana yanje Rurema Allah! Nyereka ukuntu Uzura abapfuye!”, Imana Allah Ikamubaza Iti: “Mbega none nturemera!”, na yo isubizayo iti: “Nobuzwa n’iki kwemera! Ahubwo nshaka gusa kwongerereza ukwemera ku kwemera kwanje, maze umutima wanje uturure kurusha”. Imana Allah ni ho Yamubwira Iti: “Fata rero inyoni zine uzibage, maze uzikebagure uduceduce, hanyuma uheze unyanyagize nya duce ku musozi umwumwe, uhejeje uhamagare nya nyoni, ziraheza zikwitabe vuba bwango ari nzima. Uraheza rero umenye kandi ko Imana Allah ari Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora”. Kukaba nkako Ibrahimu yabigenjeje nk’uko yabwiwe n’Imana Allah, agize ngo arahamagara nya nyoni, zaciye zimwitaba zinyaragasa.

مَّثَلُ ٱلَّذِينَ يُنفِقُونَ أَمْوَٰلَهُمْ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ كَمَثَلِ حَبَّةٍ أَنۢبَتَتْ سَبْعَ سَنَابِلَ فِى كُلِّ سُنۢبُلَةٍ مِّاْئَةُ حَبَّةٍۗ وَٱللَّهُ يُضَٰعِفُ لِمَن يَشَآءُۚ وَٱللَّهُ وَٰسِعٌ عَلِيمٌ ﴿٢٦١﴾

261. Akarorero k’abemeramana batanga amatungo yabo mu guharanira idini ry’Imana Allah, ni nka kurya kw’urutete rwateragiwe mw’isi y’akanovera, ruraheza ruranaga igiti gifise amashami indwi; maze kuri buri shami hakabako intete ijana, kanatsinda Imana Allah Igwiriza indishi uwo Ishatse Ikurikije umuzirikanyi wiwe. Burya rero Imana Allah ni Nyenimpano-ntangere, Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo mukora n’ivyo muzirikana, kandi Izobibahembera.

ٱلَّذِينَ يُنفِقُونَ أَمْوَٰلَهُمْ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ ثُمَّ لَا يُتْبِعُونَ مَآ أَنفَقُواْ مَنًّا وَلَآ أَذًى لَّهُمْ

262. Abatanga amatungo yabo mu guharanira idini ry’Imana Allah, hanyuma ntibakurikize ivyo batanze agashinyaguro canke agasuzuguro mu mvugo n’ingiro, bazosanga indishi yabo y’ivyo bakoze ku Mana yabo

Rurema Allah, kandi nta bwoba kuri bo bwo guhanwa, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu ku vyo basize kw'isi.

أَجْرُهُمْ عِندَ رَبِّهِمْ وَلَا خَوْفٌ عَلَيْهِمْ وَلَا هُمْ يَحْزَنُونَ ﴿٢٦٢﴾

263. Burya akajambo keza wishura uwusaba, no kumubabarira ku kwama ariko arasega, ni vyiza kuruta imperezwa ikurikijwe agashinyaguro n'agasuzuguro mu mvugo n'ingiro. Burya Imana Allah Irikenuye nta co Ikeneye ku mperezwa y'ibiremwa, ni Nyenubwitonzi-ntangere, ntiyihutira guhana.

۞ قَوْلٌ مَّعْرُوفٌ وَمَغْفِرَةٌ خَيْرٌ مِّن صَدَقَةٍ يَتْبَعُهَآ أَذًى ۗ وَٱللَّهُ غَنِىٌّ حَلِيمٌ ﴿٢٦٣﴾

264. Emwe bemeye Imana Allah n'umusi w'imperuka! Ntimukonone indishi y'imperezwa zanyu ku kuzikurikiza agashinyaguro n'agasuzuguro mu mvugo n'ingiro, nka wa wundi atanga amatungo yiwe ku kwiyerekana ku bantu, atanemera Imana Allah n'umusi w'imperuka; uyo rero akarorero kiwe, ni nk'ak'ibuye ry'isare ririko ivu, hanyuma hakagwa imvura nyinshi igahungurura nya vu, igasiga rya buye ryererana ritagirako intumo; ni nk'uko rero, abatanga ku kwiyerekana, indishi y'ibikorwa vyabo iyonga, nta na kimwe baronka mu ndishi y'ivyo barondeye, burya Imana Allah ntishoboza abagarariji gutumbera ukuri mu gutanga ku bwayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَا تُبْطِلُوا۟ صَدَقَٰتِكُم بِٱلْمَنِّ وَٱلْأَذَىٰ كَٱلَّذِى يُنفِقُ مَالَهُۥ رِئَآءَ ٱلنَّاسِ وَلَا يُؤْمِنُ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ ۖ فَمَثَلُهُۥ كَمَثَلِ صَفْوَانٍ عَلَيْهِ تُرَابٌ فَأَصَابَهُۥ وَابِلٌ فَتَرَكَهُۥ صَلْدًا ۖ لَّا يَقْدِرُونَ عَلَىٰ شَىْءٍ مِّمَّا كَسَبُوا۟ ۗ وَٱللَّهُ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٢٦٤﴾

265. Nayo akarorero ka barya batanga amatungo yabo barondera gushimwa n'Imana Allah, no gutsimbataza ukwemera mu mitima yabo, ni nk'ak'umurima ututahaye uri ahantu hataramutse himbuka, haguye imvura nyinshi, gutyo umwimbu uva muri nya murima ukiyongera incuro zine; iyo muri nya murima hataguye imvura nyinshi iranyanyagira, amama yayo akaba akwiye kugira ngo umwimbu wiyongere[1]. Burya Imana Allah ivyo mukora vyose Irabibona neza, ni Nyenukubona.

وَمَثَلُ ٱلَّذِينَ يُنفِقُونَ أَمْوَٰلَهُمُ ٱبْتِغَآءَ مَرْضَاتِ ٱللَّهِ وَتَثْبِيتًا مِّنْ أَنفُسِهِمْ كَمَثَلِ جَنَّةٍۭ بِرَبْوَةٍ أَصَابَهَا وَابِلٌ فَـَٔاتَتْ أُكُلَهَا ضِعْفَيْنِ فَإِن لَّمْ يُصِبْهَا وَابِلٌ فَطَلٌّ ۗ وَٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ بَصِيرٌ ﴿٢٦٥﴾

266. Mbega muri mwebwe, hari uwipfuza ko yoba afise umurima ugizwe n'ibiti vy'itende n'imizabibu, musi yavyo hatemba inzuzi z'amazi meza y'akanovera, muri nya murima akaba afisemwo amoko yose y'ivyamwa, na we akaba ageze mu za bukuru atagishoboye guteragira, akaba afise rero n'abana bakiri bato bakeneye kwikora kuri nya murima, hanyuma hakaza umuyaga w'igihuhusi uvanze n'umuriro ukawuturira[2]! Ni nk'ukwo nyene rero, Imana Allah Ibatomorera Aayah n'ingingo zayo kugira ngo mwiyumvire muheze mutahure icobagirira akamaro kw'isi

أَيَوَدُّ أَحَدُكُمْ أَن تَكُونَ لَهُۥ جَنَّةٌ مِّن نَّخِيلٍ وَأَعْنَابٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ لَهُۥ فِيهَا مِن كُلِّ ٱلثَّمَرَٰتِ وَأَصَابَهُ ٱلْكِبَرُ وَلَهُۥ ذُرِّيَّةٌ ضُعَفَآءُ فَأَصَابَهَآ إِعْصَارٌ فِيهِ نَارٌ فَٱحْتَرَقَتْ ۗ كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمُ ٱلْءَايَٰتِ لَعَلَّكُمْ تَتَفَكَّرُونَ ﴿٢٦٦﴾

[1] Ni na ko abatanga ku bw'Imana Allah imperezwa zabo zaba nke canke nyinshi zakirwa zikagwizwa n'Imana Allah incuro nyinshi mu ndishi.

[2] Ukwo ni ko bizogendera abatanga ku kwiyerekana ku musi w'izuka ry'ibiremwa, nta ndishi bazoronka.

no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, maze rero mutange imperezwa zanyu ku bwayo.

267. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa zayo! Nimutange mu vyiza birekuwe mwarondeye, no mu vyo Twabahaye kwikorako mu biri mu kuzimu. Ntimugatumbere ibidashemeye ngo mubitangeko imperezwa ku bw'Imana Allah, kandi na mwe nyene mu gihe mwobihabwako mutovyakira kiretse mu gihe mwokwirengagiza ukuntu bidashemeye. Muraheza rero mumenye kandi ko Imana Allah Yikenuye, ata co Ikeneye ku mperezwa zanyu, Ishimwa ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo mu bihe vyose.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَنفِقُواْ مِن طَيِّبَٰتِ مَا كَسَبْتُمْ وَمِمَّآ أَخْرَجْنَا لَكُم مِّنَ ٱلْأَرْضِ ۖ وَلَا تَيَمَّمُواْ ٱلْخَبِيثَ مِنْهُ تُنفِقُونَ وَلَسْتُم بِـَٔاخِذِيهِ إِلَّآ أَن تُغْمِضُواْ فِيهِ ۚ وَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ غَنِىٌّ حَمِيدٌ ﴿٢٦٧﴾

268. Kuba ingumyi no gutanga ibidashemeye biterwa n'inyoshambi za shetani, ibizeza ubukene mu gihe mwotanga ibishemeye, gutyo ikabosha kuba ingumyi, ikanabategeka gukora ibibi, kandi Imana Allah na Yo Ibasezeranira ko mu gihe mwotanga imperezwa muzogumirizwa akabanga ku vyaha vyanyu, vyirengagizwe ntimubihanirwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa, mukongererezwa no mu ngabirano zayo ibibabeshaho. Burya rero Imana Allah ni Nyenimpano-ntangere, Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo mukora n'ivyo muzirikana, kandi Izobibahembera.

ٱلشَّيْطَٰنُ يَعِدُكُمُ ٱلْفَقْرَ وَيَأْمُرُكُم بِٱلْفَحْشَآءِ ۖ وَٱللَّهُ يَعِدُكُم مَّغْفِرَةً مِّنْهُ وَفَضْلًا ۗ وَٱللَّهُ وَٰسِعٌ عَلِيمٌ ﴿٢٦٨﴾

269. Imana Allah Iha ugutumbera ukuri mu mvugo n'ingiro uwo Ishatse. Uwo Imana Allah Ihaye ugutumbera ukuri mu mvugo n'ingiro, uwo ni ukuri aba ahawe ivyiza vyinshi. Ivyo nta n'uwuvyibuka kiretse abanyabwenge.

يُؤْتِى ٱلْحِكْمَةَ مَن يَشَآءُ ۚ وَمَن يُؤْتَ ٱلْحِكْمَةَ فَقَدْ أُوتِىَ خَيْرًا كَثِيرًا ۗ وَمَا يَذَّكَّرُ إِلَّآ أُوْلُواْ ٱلْأَلْبَٰبِ ﴿٢٦٩﴾

270. Ico ari co cose mwatanze mu matungo, canke mwiyemeje gukora ku bw'Imana Allah, caba gito canke kinini, mu vy'ukuri Imana Allah Irakizi Izokibahembera. Uwuzoreka rero gutanga azoba yirenganije, kandi rero abirenganya mu kudatanga mu nzira y'Imana Allah nta babatabara mu kubakingira ibihano vy'Imana Allah bazoronka mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَمَآ أَنفَقْتُم مِّن نَّفَقَةٍ أَوْ نَذَرْتُم مِّن نَّذْرٍ فَإِنَّ ٱللَّهَ يَعْلَمُهُۥ ۗ وَمَا لِلظَّٰلِمِينَ مِنْ أَنصَارٍ ﴿٢٧٠﴾

271. Nimwatanga imperezwa ku mugaragaro ku bw'Imana Allah, ni vyiza; nimwayitanga naho mu mpisho mukayihereza abakene, bizoba ari vyiza kuri mwebwe gusumba kuko ata kwiyerekana kuba kurimwo. Gutyo rero Imana Allah Izonababababarira ivyaha vyanyu. Burya Imana Allah ivyo mukora vyose Irabizi, ni Muhetuziwavyose, kandi Izobibahembera.

إِن تُبْدُواْ ٱلصَّدَقَٰتِ فَنِعِمَّا هِىَ ۖ وَإِن تُخْفُوهَا وَتُؤْتُوهَا ٱلْفُقَرَآءَ فَهُوَ خَيْرٌ لَّكُمْ ۚ وَيُكَفِّرُ عَنكُم مِّن سَيِّـَٔاتِكُمْ ۗ وَٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ خَبِيرٌ ﴿٢٧١﴾

272. Ntumwa y'Imana! Ntujejwe gushoboza abagarariji kurongoka, ariko rero Imana Allah Ishoboza kurongoka mu nzira yayo uwo Ishatse. Ico cose mutanga mu matungo

۞لَّيْسَ عَلَيْكَ هُدَىٰهُمْ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ يَهْدِى مَن يَشَآءُ ۗ وَمَا تُنفِقُواْ مِنْ خَيْرٍ

فَلِأَنفُسِكُمۚ وَمَا تُنفِقُونَ إِلَّا ٱبۡتِغَآءَ وَجۡهِ ٱللَّهِۚ وَمَا تُنفِقُواْ مِنۡ خَيۡرٖ يُوَفَّ إِلَيۡكُمۡ وَأَنتُمۡ لَا تُظۡلَمُونَ ٢٧٢

muzogihemberwa ku neza yanyu, kanatsinda mwebwe mwemera, nta n'ico mutanga kiretse ku kurondera gushimwa n'Imana Allah. Ico ari co cose rero mutanze mu matungo muzohabwa indishi yaco, kandi ntimuzorenganywa mu kurenza urugero rw'ibihano canke mu kugabanywa indishi.

لِلۡفُقَرَآءِ ٱلَّذِينَ أُحۡصِرُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ لَا يَسۡتَطِيعُونَ ضَرۡبٗا فِي ٱلۡأَرۡضِ يَحۡسَبُهُمُ ٱلۡجَاهِلُ أَغۡنِيَآءَ مِنَ ٱلتَّعَفُّفِ تَعۡرِفُهُم بِسِيمَٰهُمۡ لَا يَسۡـَٔلُونَ ٱلنَّاسَ إِلۡحَافٗاۗ وَمَا تُنفِقُواْ مِنۡ خَيۡرٖ فَإِنَّ ٱللَّهَ بِهِۦ عَلِيمٌ ٢٧٣

273. Muragenera rero imperezwa zanyu abakene bihebeye guharanira idini ry'Imana, bigatuma badashobora guca irya n'ino kurondera ikibabeshaho, uwutabazi ababonye yokwibaza ko ari abatunzi bikenuye ku kwiyubaha ntibasege; ubamenyera ku bimenyetso vy'ugukena, ntibigera basabiriza; n'iyo bibaye ngombwa gusaba, ntibasega bakwizingirako ku gahato. Ico cose mutanze rero mu matungo, mu vy'ukuri Imana Allah Irakizi, Izokibahembera.

ٱلَّذِينَ يُنفِقُونَ أَمۡوَٰلَهُم بِٱلَّيۡلِ وَٱلنَّهَارِ سِرّٗا وَعَلَانِيَةٗ فَلَهُمۡ أَجۡرُهُمۡ عِندَ رَبِّهِمۡ وَلَا خَوۡفٌ عَلَيۡهِمۡ وَلَا هُمۡ يَحۡزَنُونَ ٢٧٤

274. Abatanga amatungo yabo ku bw'Imana Allah mw'ijoro no ku murango, mu mpisho no ku mugaragaro, abo bazosanga indishi yabo y'ivyo bakoze ku Mana yabo Rurema Allah, kandi nta bwoba kuri bo bwo guhanwa, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu ku vyo basize kw'isi.

ٱلَّذِينَ يَأۡكُلُونَ ٱلرِّبَوٰاْ لَا يَقُومُونَ إِلَّا كَمَا يَقُومُ ٱلَّذِي يَتَخَبَّطُهُ ٱلشَّيۡطَٰنُ مِنَ ٱلۡمَسِّۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمۡ قَالُوٓاْ إِنَّمَا ٱلۡبَيۡعُ مِثۡلُ ٱلرِّبَوٰاْۗ وَأَحَلَّ ٱللَّهُ ٱلۡبَيۡعَ وَحَرَّمَ ٱلرِّبَوٰاْۚ فَمَن جَآءَهُۥ مَوۡعِظَةٞ مِّن رَّبِّهِۦ فَٱنتَهَىٰ فَلَهُۥ مَا سَلَفَ وَأَمۡرُهُۥٓ إِلَى ٱللَّهِۖ وَمَنۡ عَادَ فَأُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلنَّارِۖ هُمۡ فِيهَا خَٰلِدُونَ ٢٧٥

275. Abarya inyungu izira (riba), ntibazohagarara bava mu mva ku musi w'izuka atari nka kurya uwafashwe na shetani ahaguruka adandabagirana, ivyo bigaterwa n'uko bavuze bati: "Burya urudandazwa n'inyungu yarwo irarekuwe nk'iyiva muri "riba"". Banguha! Burya Imana Allah Yararekuye urudandazwa n'inyungu ivamwo; kuko harimwo guhanahana ibidandazwa ku nyungu zigaruka ku mudandaji n'umuguzi, Izirириza inyungu iva muri "riba"; kuko harimwo agahotoro n'isesagurwa ry'ubutunzi. Uwo wese rero azoshikirwa n'ingingo y'Imana yiwe Rurema Allah yo kuziririza inyungu izira, agaheza akavavanura na yo, uyo nta caha kuri we, ararekuriwe inyungu yaronse imbere yuko izirirrizwa, Imana Allah Imutegeye ku bikurikira muri kazoza. Nayo uwuzosubira kurya inyungu izira inyuma y'aho, uyo azoba ari mu bantu bo mu muriro, bobo bazowubamwo ibihe bidahera.

يَمۡحَقُ ٱللَّهُ ٱلرِّبَوٰاْ وَيُرۡبِي ٱلصَّدَقَٰتِۗ وَٱللَّهُ لَا يُحِبُّ كُلَّ كَفَّارٍ أَثِيمٍ ٢٧٦

276. Imana Allah Ivuma inyungu izira, Ikagwiza imigisha y'imperezwa, kandi rero Imana Allah ntikunda namba umugarariji karuhariwe yuzuye ivyaha bitewe no kurya inyungu izira.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَأَقَامُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتَوُاْ ٱلزَّكَوٰةَ لَهُمۡ أَجۡرُهُمۡ

277. Mu vy'ukuri, abemeye bakanakora ivyiza bitegetswe, bagatsimbataza n'amasengesho akwije ibisabwa ku mwanya wayo, bagatanga n'ishikanwa-bwirizwa, bazosanga indishi yabo y'ivyo bakoze ku Mana yabo

Rurema Allah, kandi nta bwoba kuri bo bwo guhanwa, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu ku vyo basize kw'isi.

عِندَ رَبِّهِمْ وَلَا خَوْفٌ عَلَيْهِمْ وَلَا هُمْ يَحْزَنُونَ ﴿٢٧٧﴾

278. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo! Nimutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, maze mureke gusaba inyungu izira ku matungo yanyu mwahora mukoresha imbere yuko "riba" iziririzwa nimwaba muri abemeramana koko mu mvugo n'ingiro;

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَذَرُواْ مَا بَقِىَ مِنَ ٱلرِّبَوٰٓاْ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿٢٧٨﴾

279. Nimutabigenza nk'ukwo rero, muraheza mwitegurire indwano iturutse ku Mana Allah n'Intumwa yayo; nimwigaya naho mukagaruka ku Mana Allah, muzoba murekuriwe kwakira imitahe y'ingurane zanyu mutayisavyeko inyungu izira, ntihagire n'uwo murenganya ngo mumwake ikirenze ku mutahe, eka mbere na mwe nyene ntihagire n'uwubarenganya ngo abasubize ingurane y'umutahe idakwiye.

فَإِن لَّمْ تَفْعَلُواْ فَأْذَنُواْ بِحَرْبٍ مِّنَ ٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ ۖ وَإِن تُبْتُمْ فَلَكُمْ رُءُوسُ أَمْوَٰلِكُمْ لَا تَظْلِمُونَ وَلَا تُظْلَمُونَ ﴿٢٧٩﴾

280. Uwaguranywe niyaba adashoboye kuriha, muramurindira gushika aho bizomushobokera kuriha. Nimwamuhebera ingurane yose canke igice cayo, bizoba ari vyiza kuri mwebwe nimwaba muzi indishi zirimwo mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa.

وَإِن كَانَ ذُو عُسْرَةٍ فَنَظِرَةٌ إِلَىٰ مَيْسَرَةٍ ۚ وَأَن تَصَدَّقُواْ خَيْرٌ لَّكُمْ إِن كُنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿٢٨٠﴾

281. Bantu! Nimwiyubare rero umusi mwasubiye ku Mana Allah kugira muharurirwe, hanyuma umwe wese muri mwebwe akazohabwa indishi y'ivyiza canke ibibi yarondeye, kandi rero abantu ntibazorenganywa mu kurenza urugero rw'ibihano canke mu kugabanywa indishi[1].

وَٱتَّقُواْ يَوْمًا تُرْجَعُونَ فِيهِ إِلَى ٱللَّهِ ثُمَّ تُوَفَّىٰ كُلُّ نَفْسٍ مَّا كَسَبَتْ وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ ﴿٢٨١﴾

282. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo! Nimwaguranana ingurane izokwishurwa ku gihe cumvikanyweko, murashoka muyandika. Umwanditsi w'umwizigirwa araheza abandikire. Uwahawe n'Imana Allah amahirwe yo kumenya kwandika, niyasabwa kubandikira ntazokwanke, araheza rero yandike ivyo abwiwe n'uwahawe ingurane, kandi atinye Imana yiwe Rurema Allah ntagabanye na gato ku vyo yishuzwa. Uwahawe iyo ngurane niyaba yarakehewe n'ubwenge, akiri muto ataragera mu bigero, yarasaze canke ari nyamuragi, umuhagarikizi wiwe aravuga ata karenganyo ico yishuzwa. Muraheze rero musabe ko hoba ivyabona bibiri vy'intungane mu bagabo muri mwebwe nyene. Nihataboneka abagabo babiri, murasaba ko umugabo umwe n'abagore babiri mwishimiye boba ivyabona, kugira

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا تَدَايَنتُم بِدَيْنٍ إِلَىٰٓ أَجَلٍ مُّسَمًّى فَٱكْتُبُوهُ ۚ وَلْيَكْتُب بَّيْنَكُمْ كَاتِبٌۢ بِٱلْعَدْلِ ۚ وَلَا يَأْبَ كَاتِبٌ أَن يَكْتُبَ كَمَا عَلَّمَهُ ٱللَّهُ ۚ فَلْيَكْتُبْ وَلْيُمْلِلِ ٱلَّذِى عَلَيْهِ ٱلْحَقُّ وَلْيَتَّقِ ٱللَّهَ رَبَّهُۥ وَلَا يَبْخَسْ مِنْهُ شَيْـًٔا ۚ فَإِن كَانَ ٱلَّذِى عَلَيْهِ ٱلْحَقُّ سَفِيهًا أَوْ ضَعِيفًا أَوْ لَا يَسْتَطِيعُ أَن يُمِلَّ هُوَ فَلْيُمْلِلْ وَلِيُّهُۥ بِٱلْعَدْلِ ۚ وَٱسْتَشْهِدُواْ شَهِيدَيْنِ مِن رِّجَالِكُمْ ۖ فَإِن لَّمْ يَكُونَا رَجُلَيْنِ فَرَجُلٌ وَٱمْرَأَتَانِ مِمَّن تَرْضَوْنَ مِنَ

[1] Izi Aayah zirerekana ko kuvavanura n'inyungu izira (riba) gutsimbataza ukwemera hamwe n'ibindi bikorwa vyiza bitegetswe; nk'ugutsimbataza amasengesho, ugutanga ishikanwa-bwirizwa n'ibindi.

ngo umwe muri nya bagore niyibagira, uwundi aze yibutse mugenziwe. Ivyabona ntibizokwanke kwitaba nivyarengutswa gushikiriza ico bizi, kandi ntimuzonebwe kwandika ingurane yaba nto canke nini n'igihe izorihirwa. Iyo ni yo ngingo itunganye ku Mana Allah, ni na bwo buryo butomoye bwo kwisunga mu kuba ivyabona, ni na yo nzira kandi ya hafi yo gukura amakenga mu bijanye n'ubwoko bw'ingurane, uko ingana n'ikiringo izorihirwako. Ariko rero mu gihe rwoba ari urudandazwa rubaye hagati yanyu aho nyene, nta kibi kuri mwebwe mu kutarwandika, mugabo ni vyiza ko mwotora ivyabona mu gihe c'igura n'igurishwa ku mpungenge zo kwanka gucanamwo. Kirazira rero ko umwanditsi n'icabona bagirirwa nabi n'uwatanze ingurane, uwayihawe canke uwundi wese yokenerako ijambo. Nimwagira ivyo mubujijwe, muzoba mubaye ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, mukwiye no guhanwa. Muraheza rero mutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, Imana Allah Izoheza Ibigishe ibituma muroranirwa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kandi rero Imana Allah ikintu cose mukoze Irakizi, ni Nyenubumenyikurivyose.

ٱلشُّهَدَآءِ أَن تَضِلَّ إِحۡدَىٰهُمَا فَتُذَكِّرَ إِحۡدَىٰهُمَا ٱلۡأُخۡرَىٰۚ وَلَا يَأۡبَ ٱلشُّهَدَآءُ إِذَا مَا دُعُواْۚ وَلَا تَسۡـَٔمُوٓاْ أَن تَكۡتُبُوهُ صَغِيرًا أَوۡ كَبِيرًا إِلَىٰٓ أَجَلِهِۦۚ ذَٰلِكُمۡ أَقۡسَطُ عِندَ ٱللَّهِ وَأَقۡوَمُ لِلشَّهَٰدَةِ وَأَدۡنَىٰٓ أَلَّا تَرۡتَابُوٓاْ إِلَّآ أَن تَكُونَ تِجَٰرَةً حَاضِرَةً تُدِيرُونَهَا بَيۡنَكُمۡ فَلَيۡسَ عَلَيۡكُمۡ جُنَاحٌ أَلَّا تَكۡتُبُوهَاۗ وَأَشۡهِدُوٓاْ إِذَا تَبَايَعۡتُمۡۚ وَلَا يُضَآرَّ كَاتِبٞ وَلَا شَهِيدٞۚ وَإِن تَفۡعَلُواْ فَإِنَّهُۥ فُسُوقُۢ بِكُمۡۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَۖ وَيُعَلِّمُكُمُ ٱللَّهُۗ وَٱللَّهُ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٞ ٢٨٢

283. Nimwaba muri ku rugendo mukabura umwanditsi, murahereza uwutanze ingurane ingwati agumana gushika arishwe ingurane yiwe. Nimwizerana, mukaguranana mutarinze kwandika, gutora ivyabona no gusaba ingwati, uwuhawe ingurane araheza rero yishure ingurane yizeweko, maze atinye Imana yiwe Rurema Allah ntahemuke. Niyihindukiza agahemuka naho, hakaba igihe baguranana hari ababona, muraheza mube ivyabona vy'ukuri ntihagire ico muzonyegeza. Uwuzonyegeza ico yabonye azoba ari nyenumutima wuzuye ivyaha, kandi rero Imana Allah ivyo mukora vyose Irabizi, ni Nyenubumenyikurivyose.

۞وَإِن كُنتُمۡ عَلَىٰ سَفَرٖ وَلَمۡ تَجِدُواْ كَاتِبٗا فَرِهَٰنٞ مَّقۡبُوضَةٞۖ فَإِنۡ أَمِنَ بَعۡضُكُم بَعۡضٗا فَلۡيُؤَدِّ ٱلَّذِي ٱؤۡتُمِنَ أَمَٰنَتَهُۥ وَلۡيَتَّقِ ٱللَّهَ رَبَّهُۥۗ وَلَا تَكۡتُمُواْ ٱلشَّهَٰدَةَۚ وَمَن يَكۡتُمۡهَا فَإِنَّهُۥٓ ءَاثِمٞ قَلۡبُهُۥۗ وَٱللَّهُ بِمَا تَعۡمَلُونَ عَلِيمٞ ٢٨٣

284. Imana Allah ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo. Muramutse museruye ibiri ku mitima yanyu canke mukabihisha, Imana Allah Izobibaharurako, maze Ibabarire uwo Ishatse, Inahane uwo Ishatse[1]. Imana Allah ni Yo Mushoboravyose.

لِّلَّهِ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلۡأَرۡضِۗ وَإِن تُبۡدُواْ مَا فِيٓ أَنفُسِكُمۡ أَوۡ تُخۡفُوهُ يُحَاسِبۡكُم بِهِ ٱللَّهُۖ فَيَغۡفِرُ لِمَن يَشَآءُ وَيُعَذِّبُ مَن يَشَآءُۗ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٌ ٢٨٤

[1] Ku mpuhwe z'Imana Allah Yahavuye Ireka guhanira umuntu ico ahishije ku mutima wiwe, mu gihe ataragiserura mu majambo canke mu ngiro.

285. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaremeye iranizigira ivyo yahishuriwe n'Imana yayo Rurema Allah muri Qor'ani, eka n'abemeramana baravyemeye baranabishira mu ngiro; umwe wese muri bo yaremeye Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo n'Intumwa zayo zose, baraheza bavuga bati: "Ntituvangura n'imwe mu kwemera Intumwa zayo". Barongeye baravuga hamwe n'Intumwa bati: "Twumvise kandi twumviye Imana Allah, turasavye rero imbabazi n'ikigongwe cawe, Mana yacu Rurema! Ni no kuri Wewe rero tuzosubira kugira Uduhembere ivyo twakoze".

ءَامَنَ ٱلرَّسُولُ بِمَآ أُنزِلَ إِلَيۡهِ مِن رَّبِّهِۦ وَٱلۡمُؤۡمِنُونَۚ كُلٌّ ءَامَنَ بِٱللَّهِ وَمَلَٰٓئِكَتِهِۦ وَكُتُبِهِۦ وَرُسُلِهِۦ لَا نُفَرِّقُ بَيۡنَ أَحَدٖ مِّن رُّسُلِهِۦۚ وَقَالُواْ سَمِعۡنَا وَأَطَعۡنَاۖ غُفۡرَانَكَ رَبَّنَا وَإِلَيۡكَ ٱلۡمَصِيرُ ٢٨٥

286. Imana Allah ntitegeka umuntu ibirimwo amananiza, Imutegeka ivyoroshe ashoboye gushira mu ngiro bitewe n'impuhwe Imufitiye. Umwe wese rero azohemberwa ivyiza yarondeye, ahanirwe ibibi yarondeye. Mana yacu Rurema Allah! Ntuduhane mu gihe twibagiye gukora ibitegetswe, mu gihe dukoze ibibujijwe, canke mu gihe dukosheje bitewe no kutamenya. Mana yacu Rurema Allah! Ntuduhe itegeko ririmwo amananiza nk'uko Wategetse ab'aho hambere yacu ku kubahana. Mana yacu Rurema Allah! Ntuturemeke amabwirizwa tudashoboye gushira mu ngiro, duhanagurire ivyaha vyacu, tugumirize akabanga ku vyaha vyacu maze ntubiduhanire, Wongere Utugirire impuhwe n'ubugwaneza. Ni Wewe Umuhagarikizi n'Umutabazi wacu, dushoboze rero gutsinda abantu b'abagarariji.

لَا يُكَلِّفُ ٱللَّهُ نَفۡسًا إِلَّا وُسۡعَهَاۚ لَهَا مَا كَسَبَتۡ وَعَلَيۡهَا مَا ٱكۡتَسَبَتۡۗ رَبَّنَا لَا تُؤَاخِذۡنَآ إِن نَّسِينَآ أَوۡ أَخۡطَأۡنَاۚ رَبَّنَا وَلَا تَحۡمِلۡ عَلَيۡنَآ إِصۡرٗا كَمَا حَمَلۡتَهُۥ عَلَى ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِنَاۚ رَبَّنَا وَلَا تُحَمِّلۡنَا مَا لَا طَاقَةَ لَنَا بِهِۦۖ وَٱعۡفُ عَنَّا وَٱغۡفِرۡ لَنَا وَٱرۡحَمۡنَآۚ أَنتَ مَوۡلَىٰنَا فَٱنصُرۡنَا عَلَى ٱلۡقَوۡمِ ٱلۡكَٰفِرِينَ ٢٨٦

3. Aali Imraani (Umuryango wa Amraani)
Aayah 200, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Alif Laam Miim[1].

الٓمٓ ١

2. Allah ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, Nyenubugingo budashira nk'uko buyikwiye, Umuhagarikizi w'ibiremwa Yikwije muri vyose.

ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ٱلۡحَيُّ ٱلۡقَيُّومُ ٢

3. Ntumwa y'Imana! Yakumanuriye Igitabu ca Qor'ani vy'ukuri kitagiramwo amakenga, gishimangira ibiri mu Bitabu vyo hambere yaco, yaranamanuriye Intumwa Musa

نَزَّلَ عَلَيۡكَ ٱلۡكِتَٰبَ بِٱلۡحَقِّ مُصَدِّقٗا لِّمَا بَيۡنَ يَدَيۡهِ وَأَنزَلَ ٱلتَّوۡرَىٰةَ وَٱلۡإِنجِيلَ ٣

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

(nyakugira amahoro y'Imana Allah) Tawurati, Inamanurira n'Intumwa Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Injili;

مِن قَبْلُ هُدًى لِّلنَّاسِ وَأَنزَلَ ٱلْفُرْقَانَ ۗ إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ بِـَٔايَـٰتِ ٱللَّهِ لَهُمْ عَذَابٌ شَدِيدٌ ۗ وَٱللَّهُ عَزِيزٌ ذُو ٱنتِقَامٍ ﴿٤﴾

4. Imbere yuko Imanura Qor'ani, kugira ngo Irongore abantu mu nzira yayo, Iraheza rero Imanura Qor'ani itandukanya ukuri n'ikinyoma. Mu vy'ukuri, abahakanye bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyamanuwe n'Imana Allah, bategekanirijwe ibihano ruhasha, kandi rero Imana Allah ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Izokwihora bikwiye abagarariji ku musi w'izuka.

إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَخْفَىٰ عَلَيْهِ شَىْءٌ فِى ٱلْأَرْضِ وَلَا فِى ٱلسَّمَآءِ ﴿٥﴾

5. Mu vy'ukuri, ubumenyi bw'Imana Allah bukikije ibiremwa vyose, nta kintu na kimwe kw'isi canke mw'ijuru cinyegeje Imana Allah, n'aho coba akantu kanzunya.

هُوَ ٱلَّذِى يُصَوِّرُكُمْ فِى ٱلْأَرْحَامِ كَيْفَ يَشَآءُ ۚ لَآ إِلَـٰهَ إِلَّا هُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٦﴾

6. Ni Yo Yonyene Ibarema mu bitereko vy'abavyeyi banyu ukuntu Ishaka. Nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Yo, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

هُوَ ٱلَّذِىٓ أَنزَلَ عَلَيْكَ ٱلْكِتَـٰبَ مِنْهُ ءَايَـٰتٌ مُّحْكَمَـٰتٌ هُنَّ أُمُّ ٱلْكِتَـٰبِ وَأُخَرُ مُتَشَـٰبِهَـٰتٌ ۖ فَأَمَّا ٱلَّذِينَ فِى قُلُوبِهِمْ زَيْغٌ فَيَتَّبِعُونَ مَا تَشَـٰبَهَ مِنْهُ ٱبْتِغَآءَ ٱلْفِتْنَةِ وَٱبْتِغَآءَ تَأْوِيلِهِۦ ۗ وَمَا يَعْلَمُ تَأْوِيلَهُۥٓ إِلَّا ٱللَّهُ ۗ وَٱلرَّسِخُونَ فِى ٱلْعِلْمِ يَقُولُونَ ءَامَنَّا بِهِۦ كُلٌّ مِّنْ عِندِ رَبِّنَا ۗ وَمَا يَذَّكَّرُ إِلَّآ أُو۟لُوا۟ ٱلْأَلْبَـٰبِ ﴿٧﴾

7. Ntumwa y'Imana! Ni Yo Yonyene Yakumanuriye Qor'ani; muri yo harimwo Aayah zitomoye cane mu nsiguro, ni zo shimikiro yisungwa iyo hagize ikibadidanira mu nsiguro. Harimwo rero n'izindi Aayah zifobetse, zishobora kugira insiguro iyi n'iyindi, gutyo insiguro yazo nyayo ikagenwa na Aayah zitomoye. Abafise rero imitima yahuvye, baraheza bagakurikira muri zo Aayah zifobetse gusa, barondera guta abantu mu madidane (mu rudubi) ngo babahuvye, mu ntumbero ihuye n'insiguro bipfuza. Nta n'uwuzi insiguro nyayo y'ukuri ya Aayah zifobetse atari Imana Allah. Abamenyi babushitse na bo bavuga bati: "Twaremeye Qor'ani, ibirimwo vyose vyadushikiriye bivuye ku Mana yacu Rurema Allah", bagaheza bagatahura insiguro ya Aayah zifobetse bisunze insiguro ya Aayah zitomoye, kandi rero nta wutahura insiguro yazo nyayo atari incabwenge koko;

رَبَّنَا لَا تُزِغْ قُلُوبَنَا بَعْدَ إِذْ هَدَيْتَنَا وَهَبْ لَنَا مِن لَّدُنكَ رَحْمَةً ۚ إِنَّكَ أَنتَ ٱلْوَهَّابُ ﴿٨﴾

8. Bakavuga kandi batakamba bati: "Mana yacu Rurema Allah! Ntureke imitima yacu ngo ihube inyuma y'aho Uturongoreye mu nzira y'idini ryawe, duhe n'impuhwe zivuye iwawe, mu vy'ukuri Wewe Uri Bigaburo;

رَبَّنَآ إِنَّكَ جَامِعُ ٱلنَّاسِ لِيَوْمٍ لَّا رَيْبَ فِيهِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُخْلِفُ ٱلْمِيعَادَ ﴿٩﴾

9. Mana yacu Rurema Allah! Mu vy'ukuri, Wewe Uzokwegeranya abantu bose ku musi w'izuka ata makenga ko uzoshika. Mu vy'ukuri Imana Allah ntirenga kw'isezerano Yahaye ibiremwa".

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لَن تُغْنِىَ عَنْهُمْ أَمْوَٰلُهُمْ وَلَآ أَوْلَـٰدُهُم مِّنَ ٱللَّهِ شَيْـًٔا ۖ وَأُو۟لَـٰٓئِكَ هُمْ وَقُودُ ٱلنَّارِ ﴿١٠﴾

10. Mu vy'ukuri, abagararije bivuye inyuma idini ry'ukuri, amatungo yabo n'abana babo nta na kimwe bizobamarira nibahanwa n'Imana Allah kw'isi canke mu buzima bw'inyuma yo gupfa, abo ni na bo rero bazoba ivyegenyezo vy'umuriro.

11. Inyifato yabo mu bugarariji, ni nk'inyifato y'abantu ba Firawuni n'abahakanye aho hambere yabo. Baragararije Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, gutyo Imana Allah Ica Irabahanira ivyaha vyabo vyo kugarariza bakiri kw'isi. Burya Imana Allah Irahana Igahasha uwuyigararije agahakana n'Intumwa zayo.

كَدَأۡبِ ءَالِ فِرۡعَوۡنَ وَٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِمۡۚ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا فَأَخَذَهُمُ ٱللَّهُ بِذُنُوبِهِمۡۗ وَٱللَّهُ شَدِيدُ ٱلۡعِقَابِ ١١

12. Ntumwa y'Imana! Bwira abagararije n'abafashe minenegwe itsinda ryawe ku rugamba rwa Badri, uti: "Muzoneshwa aha kw'isi, muheze mushishikare guhakana gushika gupfa, hanyuma muzokwegeranirizwe mu muriro wa Jahannamu". Ni na bwo busaswa bubi cane.

قُل لِّلَّذِينَ كَفَرُواْ سَتُغۡلَبُونَ وَتُحۡشَرُونَ إِلَىٰ جَهَنَّمۖ وَبِئۡسَ ٱلۡمِهَادُ ١٢

13. Bayahudi mubwirwa ntimwumve! Mwari mufise icemezo gihambaye mu migwi ibiri yahanganye ku rugamba rwa Badri; umugwi w'abemeramana waharanira idini ry'Imana Allah, n'uwundi mugwi w'abahakanyi wabona abemeramana nk'aho bangana n'incuro zibiri z'igitigiri cawo, bituma abemeramana banesha abahakanyi. Imana Allah na Yo Itera intege mu guha intsinzi uwo Ishaka mu baja bayo. Mu vy'ukuri, muri iryo neshwa ryabo, ni ukuri harimwo inkebuzo ku bantu bihweza ibintu n'ibindi bakabona ukuri.

قَدۡ كَانَ لَكُمۡ ءَايَةٞ فِي فِئَتَيۡنِ ٱلۡتَقَتَاۖ فِئَةٞ تُقَٰتِلُ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَأُخۡرَىٰ كَافِرَةٞ يَرَوۡنَهُم مِّثۡلَيۡهِمۡ رَأۡيَ ٱلۡعَيۡنِۚ وَٱللَّهُ يُؤَيِّدُ بِنَصۡرِهِۦ مَن يَشَآءُۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَعِبۡرَةٗ لِّأُوْلِي ٱلۡأَبۡصَٰرِ ١٣

14. Abantu muri kameremere kabo baremwe bakunda kuryoherwa n'ivy'isi mu bakenyezi n'ibibondo, ubwinshi bw'amatungo agizwe n'inzahabu n'umwakaka, ifarasi zirobanuye, ingamiya, ibitungwa mu ngamiya, mu nka no mu ntungwa, hamwe rero n'isi ndimwa y'akanovera. Ivyo vyose rero, ni ibihendamaso vyo kuryoherwa mu buzima bwo kw'isi buhera, burya rero ubuganuko bwiza ku Mana Allah, ni Ubwami bw'ijuru.

زُيِّنَ لِلنَّاسِ حُبُّ ٱلشَّهَوَٰتِ مِنَ ٱلنِّسَآءِ وَٱلۡبَنِينَ وَٱلۡقَنَٰطِيرِ ٱلۡمُقَنطَرَةِ مِنَ ٱلذَّهَبِ وَٱلۡفِضَّةِ وَٱلۡخَيۡلِ ٱلۡمُسَوَّمَةِ وَٱلۡأَنۡعَٰمِ وَٱلۡحَرۡثِۗ ذَٰلِكَ مَتَٰعُ ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَاۖ وَٱللَّهُ عِندَهُۥ حُسۡنُ ٱلۡمَـَٔابِ ١٤

15. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mbega ndababwire ivyiza biruta ivyo abantu baremwe bakunda mu vy'isi! Abatinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, barategekanirijwe ku Mana yabo Rurema Allah imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazobamwo ibihe bidahera, hariyo n'abakenyezi basukuye (barangwa n'ingeso nziza, batigera baja mu butinyanka), bazobamwo bishimiwe n'Imana Allah". Burya rero Imana Allah ni Nyenukubona, Irabona neza ibikorwa n'abaja bayo kandi Izobibahembera;

۞قُلۡ أَؤُنَبِّئُكُم بِخَيۡرٖ مِّن ذَٰلِكُمۡۚ لِلَّذِينَ ٱتَّقَوۡاْ عِندَ رَبِّهِمۡ جَنَّٰتٞ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا وَأَزۡوَٰجٞ مُّطَهَّرَةٞ وَرِضۡوَٰنٞ مِّنَ ٱللَّهِۗ وَٱللَّهُ بَصِيرُۢ بِٱلۡعِبَادِ ١٥

16. Barya bavuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Mu vy'ukuri, twaramaze kukwemera dukurikira n'Intumwa yawe Muhamadi, tugumirize rero akabanga ku vyaha vyacu ntubiduhanire, Wongere Udukingire ibihano vy'umuriro";

ٱلَّذِينَ يَقُولُونَ رَبَّنَآ إِنَّنَآ ءَامَنَّا فَٱغۡفِرۡ لَنَا ذُنُوبَنَا وَقِنَا عَذَابَ ٱلنَّارِ ١٦

17. Abihanganira kuguma bakora ivyiza bitegetswe bakiyubara gucumura, imvugakuri, abicisha bugufi ku Mana Allah, abatanga mw'ibanga no ku mugaragaro hamwe rero n'abatakamba basaba imbabazi mu bucagucagu.

ٱلصَّٰبِرِينَ وَٱلصَّٰدِقِينَ وَٱلْقَٰنِتِينَ وَٱلْمُنفِقِينَ وَٱلْمُسْتَغْفِرِينَ بِٱلْأَسْحَارِ ﴿١٧﴾

18. Imana Allah Yaramaze kugaragaza ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, abamalayika na bo baraheza baremanga ko ari Yo Mana y'ukuri, abahawe ubumenyi na bo baratura ku rurimi bemera ku mutima ko Imana Allah ari Imwe Rudende, Ihagarikiye ubutungane ku biremwa vyose. Nta mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

شَهِدَ ٱللَّهُ أَنَّهُۥ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةُ وَأُوْلُواْ ٱلْعِلْمِ قَآئِمًۢا بِٱلْقِسْطِ ۚ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿١٨﴾

19. Mu vy'ukuri, idini ryishimiwe n'Imana Allah Yarungikanye Intumwa zose ku biremwa, ni ubwislamu[1]. Abahawe Igitabu ntibahazanye ngo bicemwo imigwi kiretse inyuma y'aho bashikiriwe n'icemezo co kurungikirwa Intumwa n'Ibitabu, bikaba vyagenze ukwo ku kubera akadenderezo n'ishari, vyadutse hagati yabo mu kurondera ivy'isi. Uwo wese rero azogarariza Aayah n'ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, namenye ko Imana Allah Inyarutsa mu guharurira no mu guhemba ibiremwa vyayo.

إِنَّ ٱلدِّينَ عِندَ ٱللَّهِ ٱلْإِسْلَٰمُ ۗ وَمَا ٱخْتَلَفَ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلْكِتَٰبَ إِلَّا مِنۢ بَعْدِ مَا جَآءَهُمُ ٱلْعِلْمُ بَغْيًۢا بَيْنَهُمْ ۗ وَمَن يَكْفُرْ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ فَإِنَّ ٱللَّهَ سَرِيعُ ٱلْحِسَابِ ﴿١٩﴾

20. Ntumwa y'Imana! Abahawe Igitabu nibaguhaririza ku vyerekeye ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, uraheza ubabwire uti: "Naramaze gutumbera no kwicisha bugufi ku Mana Imwe Rudende Allah, jewe n'abankurikiye mu bemeramana". Uraheza ubwire kandi abahawe Igitabu n'ababangikanyamana uti: "Ubwo ntimwokwicisha bugufi mukaba abislamu!". Baramutse rero babaye abislamu, ni ukuri bazoba bakurikiye inzira igororotse; nibagenza umugongo naho bakakwirengagiza, ni ukuri uzoba wamaze gukora ico ujejwe, wewe ujejwe gusa gushikiriza ubutumwa, burya rero Imana Allah ni Nyenukubona, Irabona neza ibikorwa n'abaja bayo kandi Izobibahembera.

فَإِنْ حَآجُّوكَ فَقُلْ أَسْلَمْتُ وَجْهِىَ لِلَّهِ وَمَنِ ٱتَّبَعَنِ ۗ وَقُل لِّلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْأُمِّيِّـۧنَ ءَأَسْلَمْتُمْ ۚ فَإِنْ أَسْلَمُواْ فَقَدِ ٱهْتَدَواْ ۖ وَّإِن تَوَلَّوْاْ فَإِنَّمَا عَلَيْكَ ٱلْبَلَٰغُ ۗ وَٱللَّهُ بَصِيرٌۢ بِٱلْعِبَادِ ﴿٢٠﴾

21. Mu vy'ukuri, abagarariza bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, bagatako bakica Abavugishwamana bayo ku karenganyo, bakanica abantu babwiriza abandi kubakurikira no kugendera ubutungane, abo rero ga Ntumwa y'Imana, uraheza ubashikirize inkuru y'incamugongo ko barindiriwe n'ibihano bibabaza,

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَكْفُرُونَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَيَقْتُلُونَ ٱلنَّبِيِّـۧنَ بِغَيْرِ حَقٍّ وَيَقْتُلُونَ ٱلَّذِينَ يَأْمُرُونَ بِٱلْقِسْطِ مِنَ ٱلنَّاسِ فَبَشِّرْهُم بِعَذَابٍ أَلِيمٍ ﴿٢١﴾

[1] Ubwislamu ni ukwicisha bugufi ku Mana Allah mu kuyumvira mu ntumbero yo kwitonesha kuri Yo, wubahiriza kandi wemera Intumwa zose Yarungitse.

22. Abo ni bo rero ibikorwa vyabo bizobabera impfagusa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, eka mbere ntibazoronka ababatabara mu kubakingira ibihano vy'Imana Allah.

أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ حَبِطَتْ أَعْمَٰلُهُمْ فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِ وَمَا لَهُم مِّن نَّٰصِرِينَ ﴿٢٢﴾

23. Ntumwa y'Imana! Mbega warabonye igitangaje kuruta abayahudi bagize amahirwe yo guhabwa Igitabu bakamenya ko ivyo wahishuriwe ari ukuri, maze bahamagarirwa kwubahiriza ibiri mu Gitabu c'Imana Qor'ani kugira ngo kibadadanure mu vyo bahazanako, hanyuma umugwi umwe muri bo ukagenza umugongo mu kwanka ingingo yayo wirengagiza ukuri!

أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ نَصِيبًا مِّنَ ٱلْكِتَٰبِ يُدْعَوْنَ إِلَىٰ كِتَٰبِ ٱللَّهِ لِيَحْكُمَ بَيْنَهُمْ ثُمَّ يَتَوَلَّىٰ فَرِيقٌ مِّنْهُمْ وَهُم مُّعْرِضُونَ ﴿٢٣﴾

24. Ukwirengagiza kwabo ukuri, kugaterwa n'uko bavuze bati: "Umuriro ntuzodukorako kiretse imisi imparurwa hanyuma tuwuvemwo", iryo rementanya rikaba ari ryo rituma bubahuka guhonyanga amabwirizwa no gusuzugura idini ryayo.

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ قَالُوا۟ لَن تَمَسَّنَا ٱلنَّارُ إِلَّآ أَيَّامًا مَّعْدُودَٰتٍ ۖ وَغَرَّهُمْ فِى دِينِهِم مَّا كَانُوا۟ يَفْتَرُونَ ﴿٢٤﴾

25. Mbega bizobagendera gute! Igihe Twebwe Allah Twabegeranije ku musi w'izuka ata makenga ko uzoshika, maze umwe wese mu bantu agatunganirizwa ku ndishi y'ivyo yarondeye, ntibazonarenganywa mu kurenza urugero rw'ibihano canke mu kugabanya indishi.

فَكَيْفَ إِذَا جَمَعْنَٰهُمْ لِيَوْمٍ لَّا رَيْبَ فِيهِ ۖ وَوُفِّيَتْ كُلُّ نَفْسٍ مَّا كَسَبَتْ وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ ﴿٢٥﴾

26. Muvugishwamana! Vuga usaba Imana yawe Rurema uti: "Mana yanje Nzima! Nyeninganji Rugaba w'ubwami bwose! Uha ubwami n'inganji uwo Ushatse, Ukabwambura uwo Ushatse; Uha icubahiro c'iteka kw'isi no mw'ijuru uwo Ushatse, Ugasuzuguza uwo Ushatse; mu minwe yawe hari ivyiza bisa, mu vy'ukuri ni Wewe Mushoboravyose[1],

قُلِ ٱللَّهُمَّ مَٰلِكَ ٱلْمُلْكِ تُؤْتِى ٱلْمُلْكَ مَن تَشَآءُ وَتَنزِعُ ٱلْمُلْكَ مِمَّن تَشَآءُ وَتُعِزُّ مَن تَشَآءُ وَتُذِلُّ مَن تَشَآءُ ۖ بِيَدِكَ ٱلْخَيْرُ ۖ إِنَّكَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٢٦﴾

27. Biri mu vyerekana ubushobozi bwawe, ko Winjiza igice c'ijoro mu murango, maze umurango ukaba muremure; Ukinjinza igice c'umurango mw'ijoro, maze ijoro rikaba rirerire; Ugakura kizima mu capfuye[2], Ugakura icapfuye muri kizima[3], Ukaronsa ibiremwa ibibibeshaho Utarinze kubigerera".

تُولِجُ ٱلَّيْلَ فِى ٱلنَّهَارِ وَتُولِجُ ٱلنَّهَارَ فِى ٱلَّيْلِ ۖ وَتُخْرِجُ ٱلْحَىَّ مِنَ ٱلْمَيِّتِ وَتُخْرِجُ ٱلْمَيِّتَ مِنَ ٱلْحَىِّ ۖ وَتَرْزُقُ مَن تَشَآءُ بِغَيْرِ حِسَابٍ ﴿٢٧﴾

28. Abemeramana ntibakagire abahakanyi abagenzi somambike bababahagararira bakabatabara birengagiza abemeramana. Uwuzobagira abagenzi somambike, azoba yitandukanije n'Imana Allah kiretse mu gihe mwobigira mwiyorobeka mu kwikingira ishari ryabo, kugira ngo mubanze mwisuganye. Kandi rero Imana Allah Irabihanije ku bihano vyayo nimuvyiyubare. Ni ku Mana

لَّا يَتَّخِذِ ٱلْمُؤْمِنُونَ ٱلْكَٰفِرِينَ أَوْلِيَآءَ مِن دُونِ ٱلْمُؤْمِنِينَ ۖ وَمَن يَفْعَلْ ذَٰلِكَ فَلَيْسَ مِنَ ٱللَّهِ فِى شَىْءٍ إِلَّآ أَن تَتَّقُوا۟ مِنْهُمْ تُقَىٰةً ۗ وَيُحَذِّرُكُمُ ٱللَّهُ نَفْسَهُۥ ۗ وَإِلَى ٱللَّهِ ٱلْمَصِيرُ ﴿٢٨﴾

[1] Muri iyi Aayah, harimwo icemezo c'uko Imana Allah Ifise ukuboko mu buryo buberanye n'icubahiro cayo.

[2] Nka kurya urutete canke urubuto runaga rukavamwo igiharage canke igiti.

[3] Nka kurya irigi riva mu nkoko, n'urubuto rukava mu giti.

Allah rero ibiremwa vyose bizosubira kugira Ihembe kimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye.

قُلْ إِن تُخْفُواْ مَا فِي صُدُورِكُمْ أَوْ تُبْدُوهُ يَعْلَمْهُ ٱللَّهُ ۗ وَيَعْلَمُ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلْأَرْضِ ۗ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَيْءٍ قَدِيرٌ ﴿٢٩﴾

29. Muvugishwamana! Bwira abemeramana uti: "Nimwabagira abagenzi somambike mw'ibanga canke ku mugaragaro, Imana Allah Itegerezwa kubimenya, Irazi n'ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi. Burya Imana Allah ni Mushoboravyose".

يَوْمَ تَجِدُ كُلُّ نَفْسٍ مَّا عَمِلَتْ مِنْ خَيْرٍ مُّحْضَرًا وَمَا عَمِلَتْ مِن سُوٓءٍ تَوَدُّ لَوْ أَنَّ بَيْنَهَا وَبَيْنَهُۥٓ أَمَدًۢا بَعِيدًا ۗ وَيُحَذِّرُكُمُ ٱللَّهُ نَفْسَهُۥ ۗ وَٱللَّهُ رَءُوفٌۢ بِٱلْعِبَادِ ﴿٣٠﴾

30. Umusi rero umuntu wese yasanze indishi y'ivyo yakoze mu vyiza imurindiriye, agasanga n'ivyo yakoze mu bibi indishi yavyo imurindiriye, azokwipfuza ko hopfuma haba ikiringo kirekire hagati yiwe n'ingaruka mbi z'ibibi yakoze kugira ntabibazwe. Kandi rero Imana Allah Irabihanije ku bihano vyayo nimuvyiyubare. N'aho biri ukwo rero, Imana Allah ni Nyenikigongwe ku baja bayo.

قُلْ إِن كُنتُمْ تُحِبُّونَ ٱللَّهَ فَٱتَّبِعُونِي يُحْبِبْكُمُ ٱللَّهُ وَيَغْفِرْ لَكُمْ ذُنُوبَكُمْ ۗ وَٱللَّهُ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٣١﴾

31. Ntumwa y'Imana! Bwira abemeramana uti: "Nimwaba mukunda vy'ukuri Imana Allah, nimunkurikire rero munyumvire, gutyo Imana Allah Iheze Ibakunde, Inabagumirize akabanga ku vyaha vyanyu ntibibahanire. Burya Imana Allah ni Nyenimbabazi-ntangere, Nyenimbabazi ku batoni bayo[1]".

قُلْ أَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَٱلرَّسُولَ ۖ فَإِن تَوَلَّوْاْ فَإِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٣٢﴾

32. Babwire uti: "Nimwumvire Imana Allah mu kugendera Qor'ani, munumvire Intumwa mu gukurikiza inyigisho n'imigenzo vyayo". Nibagenza umugongo bakakwirengagiza, baramenya rero ko mu vy'ukuri Imana Allah Idakunda abagarariji.

إِنَّ ٱللَّهَ ٱصْطَفَىٰٓ ءَادَمَ وَنُوحًا وَءَالَ إِبْرَٰهِيمَ وَءَالَ عِمْرَٰنَ عَلَى ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٣٣﴾

33. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yaratoye Adamu na Nuhu n'umuryango wa Ibrahimu n'uwa Amraani, Ibagira aberanda n'intore mu gihe cabo,

ذُرِّيَّةًۢ بَعْضُهَا مِنۢ بَعْضٍ ۗ وَٱللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿٣٤﴾

34. Iraheza Ibagira Intumwa n'Abavugishwamana mu rukurikirane rw'uruvyaro rwabo rweranda. Burya Imana Allah ni Nyenukwumva ibivugwa n'abaja bayo, Nyenubumenyikurivyose, Irazi ivyo bazirikana n'ivyo bakora, kandi Izobibahembera;

إِذْ قَالَتِ ٱمْرَأَتُ عِمْرَٰنَ رَبِّ إِنِّي نَذَرْتُ لَكَ مَا فِي بَطْنِي مُحَرَّرًا فَتَقَبَّلْ مِنِّيٓ ۖ إِنَّكَ أَنتَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْعَلِيمُ ﴿٣٥﴾

35. Ntumwa y'Imana! Ibuka ivyashikiye Isa na nyina wiwe Mariyamu hamwe na inakuru wiwe, ari we mukenyezi wa Amraani, igihe yasama imbanyi ya Mariyamu maze akavuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Jewe mu vy'ukuri, ndiyemeje kukwegurira ico nibungenze (kizokwame gikorera ingoro yawe Bayti l-Maqdisi), ndakwinginze rero ukinyemerere, mu vy'ukuri ni Wewe Nyenukwumva igisabisho canje, Nyenubumenyikurivyose, Uzi umuzirikanyi wanje".

[1] Iyi Aayah iratomoye mu kwerekana ko uwukunda Imana Allah ategerezwa kandi gukunda n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) akanayumvira vy'ukuri.

فَلَمَّا وَضَعَتْهَا قَالَتْ رَبِّ إِنِّي وَضَعْتُهَآ أُنثَىٰ وَٱللَّهُ أَعْلَمُ بِمَا وَضَعَتْ وَلَيْسَ ٱلذَّكَرُ كَٱلْأُنثَىٰ ۖ وَإِنِّي سَمَّيْتُهَا مَرْيَمَ وَإِنِّيٓ أُعِيذُهَا بِكَ وَذُرِّيَّتَهَا مِنَ ٱلشَّيْطَٰنِ ٱلرَّجِيمِ ﴿٣٦﴾

36. Nya mbanyi imaze kuvuka, umukenyezi wa Amraani yaciye avuga ati: “Mana yanje Rurema Allah! Mu vy’ukuri nibarutse umukobwa, ntashoboye gukorera ingoro yawe - Imana Allah na Yo Yari Izi neza ico yibarutse ko kizoba igitangaro - kandi rero umuhungu nipfuje kwibaruka si nk’umukobwa mu bubasha bwo gukorera ingoro yawe. Mu vy’ukuri, namwise Mariyamu, ni ukuri ndanamukuragije we n’uruvyaro rwiwe, Ubakingire inyoshambi za shetani yavumwe”.

فَتَقَبَّلَهَا رَبُّهَا بِقَبُولٍ حَسَنٍ وَأَنۢبَتَهَا نَبَاتًا حَسَنًا وَكَفَّلَهَا زَكَرِيَّا ۖ كُلَّمَا دَخَلَ عَلَيْهَا زَكَرِيَّا ٱلْمِحْرَابَ وَجَدَ عِندَهَا رِزْقًا ۖ قَالَ يَٰمَرْيَمُ أَنَّىٰ لَكِ هَٰذَا ۖ قَالَتْ هُوَ مِنْ عِندِ ٱللَّهِ ۖ إِنَّ ٱللَّهَ يَرْزُقُ مَن يَشَآءُ بِغَيْرِ حِسَابٍ ﴿٣٧﴾

37. Kukaba nkako, Imana yiwe Rurema Allah Yaramwemereye igisabisho, Iramwakirira neza uwo yayeguriye Iraheza Iramubungabunga Imuha indero nziza, maze arerwa na Zakariya[1] aho yari asanzwe asengera. Igihe cose yaja kumuraba yahasanga imfungurwa ziteguye, agaca amubaza ati: “Mbega Mariya! Izi mfugurwa wazikuye hehe?”, na we akamwishura ati: “Ni izo nafunguriwe n’Imana Allah”. Mu vy’ukuri, Imana Allah Ironsa ibibeshaho uwo Ishaka mu biremwa vyayo Itarinze kumugerera.

هُنَالِكَ دَعَا زَكَرِيَّا رَبَّهُۥ ۖ قَالَ رَبِّ هَبْ لِي مِن لَّدُنكَ ذُرِّيَّةً طَيِّبَةً ۖ إِنَّكَ سَمِيعُ ٱلدُّعَآءِ ﴿٣٨﴾

38. Aho ni ho rero Zakariya yatakambira Imana yiwe Rurema Allah, ati: “Mana yanje Rurema Allah! Mpa umwana mweranda ahezagiwe, mu vy’ukuri Wewe Uri Nyenukwumva, Urumva igisabisho c’uwugusaba”;

فَنَادَتْهُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ وَهُوَ قَآئِمٌ يُصَلِّي فِي ٱلْمِحْرَابِ أَنَّ ٱللَّهَ يُبَشِّرُكَ بِيَحْيَىٰ مُصَدِّقًۢا بِكَلِمَةٍ مِّنَ ٱللَّهِ وَسَيِّدًا وَحَصُورًا وَنَبِيًّا مِّنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿٣٩﴾

39. Abamalayika baca baramuhamagara akiri ha handi nyene asengera bamubwira bati: “Imana Allah Iraguhaye inkuru nziza ko uzokwibaruka umwana w’umuhungu yitwa Yahaya, aheze ashimangire Jambo Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y’Imana Allah) arungitswe n’Imana Allah, kandi azoba inararibonye mu bumenyi n’ubwitonzi yubahwe, yongere abe intakoravyaha n’Umuvugishwamana mu beranda.

قَالَ رَبِّ أَنَّىٰ يَكُونُ لِي غُلَٰمٌ وَقَدْ بَلَغَنِيَ ٱلْكِبَرُ وَٱمْرَأَتِي عَاقِرٌ ۖ قَالَ كَذَٰلِكَ ٱللَّهُ يَفْعَلُ مَا يَشَآءُ ﴿٤٠﴾

40. Zakariya n’umunezero n’akantu, yaritangaje ati: “Mana yanje Rurema Allah! Vyoshoboka gute ko nokwibaruka ikibondo mu busaza n’umukenyezi wanje akaba ari ingumba!”. Imana Allah Imwishura Iti: “Ni nk’ukwo nyene rero Imana Allah Ikora ivyo Ishaka mu bitangaro”.

قَالَ رَبِّ ٱجْعَل لِّيٓ ءَايَةً ۚ قَالَ ءَايَتُكَ أَلَّا تُكَلِّمَ ٱلنَّاسَ ثَلَٰثَةَ أَيَّامٍ إِلَّا رَمْزًا ۗ وَٱذْكُر رَّبَّكَ كَثِيرًا وَسَبِّحْ بِٱلْعَشِيِّ وَٱلْإِبْكَٰرِ ﴿٤١﴾

41. Zakariya yavuze ati: “Mana yanje Rurema Allah! Ngirira ikimenyetso nzomenyerako ko umukenyezi wanje yibungenze”. Imana Allah Imwishura Iti: “Ikimenyetso uzobimenyerako ni uko utazoshobora kuvugana n’abantu bidaturutse ku ndwara mu kiringo c’imisi itatu kiretse mu gukoresha ibimenyetso gusa, muri ico gihe rero

[1] Umugabo wa nyinabo.

uraninahaza wongere utazire cane Imana yawe Rurema Allah, wongere unasenge umugoroba n'igitondo.

42. Ntumwa y'Imana! Ibuka igihe abamalayika bavuga bati: "Ewe Mariyamu! Mu vy'ukuri Imana Allah Yaragutoye ngo uyiyegurire, Iranakweza ingeso mbi z'ubwoko bwose, Iranagutora Iguha icubahiro mu bakenyezi bose mu gihe cawe;

وَإِذْ قَالَتِ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ يَٰمَرْيَمُ إِنَّ ٱللَّهَ ٱصْطَفَىٰكِ وَطَهَّرَكِ وَٱصْطَفَىٰكِ عَلَىٰ نِسَآءِ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٤٢﴾

43. Ewe Mariyamu! Shishikara rero wicisha bugufi ku Mana yawe Rurema Allah, wongere wubame, ununame hamwe n'abunama mu gushima inema wahawe".

يَٰمَرْيَمُ ٱقْنُتِى لِرَبِّكِ وَٱسْجُدِى وَٱرْكَعِى مَعَ ٱلرَّٰكِعِينَ ﴿٤٣﴾

44. Ntumwa y'Imana! Izo rero ni zimwe mu nkuru z'ibinyegejwe ibiremwa Tuguhishuriye, kuko muri ico gihe si ho wari uri igihe batata baharira ku wukwiye kurera Mariyamu, maze bagahitamwo kugira itombora mu guterera hasi ikaramu zabo kugira bamenye muri bo uwukwiye kumurera, gutyo Zakariya aba ari we atsindira kumurera.

ذَٰلِكَ مِنْ أَنۢبَآءِ ٱلْغَيْبِ نُوحِيهِ إِلَيْكَ ۚ وَمَا كُنتَ لَدَيْهِمْ إِذْ يُلْقُونَ أَقْلَٰمَهُمْ أَيُّهُمْ يَكْفُلُ مَرْيَمَ وَمَا كُنتَ لَدَيْهِمْ إِذْ يَخْتَصِمُونَ ﴿٤٤﴾

45. Muvugishwamana! Si n'aho wari uri igihe abamalayika bavuga bati: "Ewe Mariyamu! Mu vy'ukuri Imana Allah Iraguha inkuru nziza ko uzokwibaruka umwana azosamwa imbanyi kw'ijambo[1] rivuye kuri Yo. Amaze kuvuka rero akazokwitwa Masihi[2] Isa mwene Mariyamu, azokwubahwa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Azoba ari no mu batonye ku Mana Allah ku musi w'izuka;

إِذْ قَالَتِ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ يَٰمَرْيَمُ إِنَّ ٱللَّهَ يُبَشِّرُكِ بِكَلِمَةٍ مِّنْهُ ٱسْمُهُ ٱلْمَسِيحُ عِيسَى ٱبْنُ مَرْيَمَ وَجِيهًا فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِ وَمِنَ ٱلْمُقَرَّبِينَ ﴿٤٥﴾

46. Akazonavugisha abantu akiri uruyoya, niyamara gukura yongere abararikire kwemera Imana Allah. Azoba ari no mu beranda.

وَيُكَلِّمُ ٱلنَّاسَ فِى ٱلْمَهْدِ وَكَهْلًا وَمِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿٤٦﴾

47. Mariyamu yaritangaje maze avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Vyoshoboka gute ko nokwibaruka ikibondo kandi ata n'umuntu turubakana!". Umumalayika araheza aramwishura ati: "Ni nk'ukwo nyene rero Imana Allah Irema ico Ishatse, iyo Itegetse ikintu ko kiba Ikibwira gusa Iti: "Ba", kigaca kiba ubwo nyene.

قَالَتْ رَبِّ أَنَّىٰ يَكُونُ لِى وَلَدٌ وَلَمْ يَمْسَسْنِى بَشَرٌ ۖ قَالَ كَذَٰلِكِ ٱللَّهُ يَخْلُقُ مَا يَشَآءُ ۚ إِذَا قَضَىٰٓ أَمْرًا فَإِنَّمَا يَقُولُ لَهُۥ كُن فَيَكُونُ ﴿٤٧﴾

48. Izonamwigisha kwandika, gutumbereza ukuri mu mvugo no mu ngiro, Yongere Imwigishe Tawurati yamanuriwe Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) hamwe rero n'Injili azomanurirwa n'Imana Allah.

وَيُعَلِّمُهُ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحِكْمَةَ وَٱلتَّوْرَىٰةَ وَٱلْإِنجِيلَ ﴿٤٨﴾

49. Izomugira n'Intumwa kuri Bene Israyeli, izobabwira iti: "Jewe mu vy'ukuri, narungitswe kuri mwebwe nibangikanije icemezo kivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, na co kikaba ari uko nshoboye kubabumbira inyoni mu vyondo, hanyuma nkayihuhamwo igaca iba inyoni

وَرَسُولًا إِلَىٰ بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ أَنِّى قَدْ جِئْتُكُم بِـَٔايَةٍ مِّن رَّبِّكُمْ أَنِّىٓ أَخْلُقُ لَكُم مِّنَ ٱلطِّينِ كَهَيْـَٔةِ ٱلطَّيْرِ فَأَنفُخُ فِيهِ فَيَكُونُ

[1] Intumwa y'Imana Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yiswe Jambo kuko yibungenzwe ku bushobozi bw'ijambo rivuye ku Mana Allah.
[2] Yasizwe imigisha.

yigurukira ku bushobozi bw'Imana Allah; nkanavura uwavutse ari impumyi n'uwavukanye indwara y'ubukarabe[1], nsubize n'ubuzima uwapfuye ku bushobozi bw'Imana Allah; nkanababwira ivyo mufungura n'ivyo muziganirije kazoza mu mazu yanyu. Mu vy'ukuri, muri ivyo bitangaro vyose rero, ni ukuri harimwo icemezo kuri mwebwe ko ndi Intumwa y'Imana nimwaba mwemera Imana Allah hamwe na Aayah n'ivyemezo vyayo;

طَيْرًۢا بِإِذْنِ ٱللَّهِۖ وَأُبْرِئُ ٱلْأَكْمَهَ وَٱلْأَبْرَصَ وَأُحْىِ ٱلْمَوْتَىٰ بِإِذْنِ ٱللَّهِۖ وَأُنَبِّئُكُم بِمَا تَأْكُلُونَ وَمَا تَدَّخِرُونَ فِى بُيُوتِكُمْۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَةً لَّكُمْ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿٤٩﴾

50. Naje nshimangira kandi ivyamanuwe hambere yanje muri Tawurati, no kugira ngo ndabarekurire bimwe mu vyo mwabujijwe. Nkaba rero naje ndabazaniye icemezo kivuye ku Mana yanyu Rurema Allah ku vyo ndababwira, ko ari ivy'ukuri, enda rero nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kunyemera muheze munyumvire mu vyo ndabararikira bivuye ku Mana Allah.

وَمُصَدِّقًا لِّمَا بَيْنَ يَدَىَّ مِنَ ٱلتَّوْرَىٰةِ وَلِأُحِلَّ لَكُم بَعْضَ ٱلَّذِى حُرِّمَ عَلَيْكُمْۚ وَجِئْتُكُم بِـَٔايَةٍ مِّن رَّبِّكُمْ فَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ﴿٥٠﴾

51. Mu vy'ukuri, Imana Allah ndabararikira kwemera, ni Yo Mana yanje Rurema, Ikaba ari na Yo Mana yanyu Rurema, enda rero nimuyiyegereze mu vyo mukora vyose munayisenge, iyi ni yo nzira igororotse".

إِنَّ ٱللَّهَ رَبِّى وَرَبُّكُمْ فَٱعْبُدُوهُۚ هَٰذَا صِرَٰطٌ مُّسْتَقِيمٌ ﴿٥١﴾

52. Intumwa y'Imana Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) imaze kwumva ukwimonogoza mu bugarariji kwa Bene Israyeli, yaratereye ijwi hejuru ibwira abigishwa bayo iti: "Ni nde yomba hafi tugaharanira idini ry'Imana Allah!". Abigishwa bayo barishuye bati: "Twebwe twarishinze guharanira idini ry'Imana Allah, twaremeye Imana Imwe Rudende Allah, tukugize n'icabona ko twebwe turi abislamu twicisha bugufi mu kwumvira Imana Allah;

۞فَلَمَّآ أَحَسَّ عِيسَىٰ مِنْهُمُ ٱلْكُفْرَ قَالَ مَنْ أَنصَارِىٓ إِلَى ٱللَّهِۖ قَالَ ٱلْحَوَارِيُّونَ نَحْنُ أَنصَارُ ٱللَّهِ ءَامَنَّا بِٱللَّهِ وَٱشْهَدْ بِأَنَّا مُسْلِمُونَ ﴿٥٢﴾

53. Mana yacu Rurema Allah! Twaremeye ivyo Wamanuye mu Njili, turanakurikira Intumwa yawe Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), enda rero Uradushira hamwe n'abemanga ko Uri Imana Imwe Rudende n'uko Intumwa zawe zashikirije abo zarungitsweko ubutumwa bwawe", abo na bo bakaba ari abarungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bazobera ivyabona Intumwa z'Imana ko zashikanye ubutumwa ku bo zarungitsweko.

رَبَّنَآ ءَامَنَّا بِمَآ أَنزَلْتَ وَٱتَّبَعْنَا ٱلرَّسُولَ فَٱكْتُبْنَا مَعَ ٱلشَّٰهِدِينَ ﴿٥٣﴾

54. Abagarariji muri Bene Israyeli barahemutse mu gutegura mu mpisho umugambi mubi wo kwica Intumwa Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), Imana Allah na Yo Irahinyura nya mugambi Iraheza Yambika ishusho ry'Intumwa Isa uwundi muntu bahavuye bafata baramwica baranamubamba ku musaraba, bibaza ko ari we Isa

وَمَكَرُوا۟ وَمَكَرَ ٱللَّهُۖ وَٱللَّهُ خَيْرُ ٱلْمَٰكِرِينَ ﴿٥٤﴾

[1] Ubukarabe, ni indwara ifata irihu, ikiganzira uduce dutandukanye tw'umubiri, maze utwo duce tukagira ibara ryera rivanze n'iritukura.

mwene Mariyamu. Burya rero Imana Allah ni Yo Mwiza w'abahinyura imigambi igayitse;

إِذْ قَالَ ٱللَّهُ يَٰعِيسَىٰٓ إِنِّى مُتَوَفِّيكَ وَرَافِعُكَ إِلَىَّ وَمُطَهِّرُكَ مِنَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَجَاعِلُ ٱلَّذِينَ ٱتَّبَعُوكَ فَوْقَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ ۖ ثُمَّ إِلَىَّ مَرْجِعُكُمْ فَأَحْكُمُ بَيْنَكُمْ فِيمَا كُنتُمْ فِيهِ تَخْتَلِفُونَ ﴿٥٥﴾

55. Igihe Imana Allah Ibwiriye Intumwa Isa Iti: "Jewe mu vy'ukuri, Ndagukura kw'isi Ndakurerure iwanje uri muzima utaragirirwa nabi namba, maze Ndagukize abakugararije, Nongere Mpe abakwemeye bakagukurikira[1] intsinzi yo kunesha abakugararije gushika ku musi w'iherezo ry'isi". Hanyuma rero ga bantu! Ku musi wo guharurirwa mwese muzogaruka iwanje Jewe Allah, Nshoke Ndabacira urutunganye ku vyo mwahora muhazanako mu vyerekeye Intumwa Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah).

فَأَمَّا ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ فَأُعَذِّبُهُمْ عَذَابًا شَدِيدًا فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِ وَمَا لَهُم مِّن نَّٰصِرِينَ ﴿٥٦﴾

56. Abagararije Intumwa Isa (mu bayahudi) hamwe n'abayihaye icubahiro ndenzarugero (mu banaswara), Nzoheza Ndabahe ibihano ruhasha, vyo kwicwa no kunyagwa amatungo n'ubutegetsi kw'isi, Nongere Ndabahe n'ibihano vyo mu muriro mu buzima bw'inyuma yo gupfa, eka mbere ntibazoronka ababatabara mu kubakingira ibihano vy'Imana Allah.

وَأَمَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ فَيُوَفِّيهِمْ أُجُورَهُمْ ۗ وَٱللَّهُ لَا يُحِبُّ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٥٧﴾

57. Nayo abemeye Imana Allah n'Intumwa zayo bakanakora n'ivyiza bitegetswe, Imana Allah Izoheza Ibahe indishi z'ibikorwa vyabo zikwiye, burya kandi rero Imana Allah ntikunda na gato abirenganya mu kuyibangikanya no mu kuyigarariza.

ذَٰلِكَ نَتْلُوهُ عَلَيْكَ مِنَ ٱلْءَايَٰتِ وَٱلذِّكْرِ ٱلْحَكِيمِ ﴿٥٨﴾

58. Ntumwa y'Imana! Ayo mateka Tukwiganira Twebwe Allah ku vyerekeye Intumwa Isa mwene Mariyamu, ari mu vyemezo bigaragaza ukuri kw'ubutumwa bwawe, bikagaragaza n'uko Qor'ani itandukanya ukuri n'ikinyoma, ari ukuri kuzira amakenga.

إِنَّ مَثَلَ عِيسَىٰ عِندَ ٱللَّهِ كَمَثَلِ ءَادَمَ ۖ خَلَقَهُۥ مِن تُرَابٍ ثُمَّ قَالَ لَهُۥ كُن فَيَكُونُ ﴿٥٩﴾

59. Mu vy'ukuri, iremwa rya Isa mwene Mariyamu atagira se, ni nk'iremwa rya Adamu atagira se na nyina, Yamuremye mw'ivu hanyuma Imubwira Iti: "Ba umuntu", aca aba umuntu muzima[2].

ٱلْحَقُّ مِن رَّبِّكَ فَلَا تَكُن مِّنَ ٱلْمُمْتَرِينَ ﴿٦٠﴾

60. Ntumwa y'Imana! Ukuri kutagiramwo amakenga ku vyerekeye Isa mwene Mariyamu, ni ukuri kwagushikiriye kuvuye ku Mana yawe Rurema Allah. Kubera ivyo rero, shishikara utsimbataye kuri ukwo kuri, ntukabe mu bagufiseko amakenga.

---

[1] Mu kwubaha no kwubahiriza idini ryawe, mu kwemanga ibiranga umuzo w'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), mu kuyemera no kugendera amabwirizwa y'ubwislamu igihe yarungitswe ku bantu bose.

[2] Guha rero ubumana Isa mwene Mariyamu ku kuba yavutse atagira se, ni ikinyoma cambaye ubusa kuko na Adamu yaremwe atagira se na nyina, ariko hamwe n'ivyo, abantu bose ntibigeze bamufata ko ari imana, ahubwo bose bahurije ku kuba ari umuja n'ikiremwa c'Imana Allah.

61. Abazoguhaririza ku vyerekeye Isa mwene Mariyamu inyuma yuko umaze kumenya ukuri ku bimwerekeye, urababwira uti: “Enda nimuze, turarike abana bacu n’abana banyu, abakenyezi bacu n’abakenyezi banyu, hamwe rero na twebwe na mwebwe nyene, maze dutumbere Imana Allah tuyisabe ko Yomanurira igihano n’ivumwe ryayo abanyakinyoma badahesha mu kurementaniriza ubumana Isa mwene Mariyamu”.

فَمَنْ حَآجَّكَ فِيهِ مِنۢ بَعْدِ مَا جَآءَكَ مِنَ ٱلْعِلْمِ فَقُلْ تَعَالَوْا۟ نَدْعُ أَبْنَآءَنَا وَأَبْنَآءَكُمْ وَنِسَآءَنَا وَنِسَآءَكُمْ وَأَنفُسَنَا وَأَنفُسَكُمْ ثُمَّ نَبْتَهِلْ فَنَجْعَل لَّعْنَتَ ٱللَّهِ عَلَى ٱلْكَٰذِبِينَ ﴿٦١﴾

62. Iyi nkuru Ndakwiganiye rero ga Ntumwa y’Imana Muhamadi! Ni ukuri ni yo mateka y’ukuri ku vyerekeye Isa. Nta n’iyindi mana rero ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah Yonyene. Mu vy’ukuri, ni na Yo rero Nyenintsinzi-Mutaneshwa mu bwami bwayo, Intungane mu vyo Ikora.

إِنَّ هَٰذَا لَهُوَ ٱلْقَصَصُ ٱلْحَقُّ ۚ وَمَا مِنْ إِلَٰهٍ إِلَّا ٱللَّهُ ۚ وَإِنَّ ٱللَّهَ لَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٦٢﴾

63. Nibaramuka bagenje umugongo bakirengagiza kukwemera no kugukurikira, bazoba ari bo bononyi. Mu vy’ukuri Imana Allah Irazi neza ivyo bakora vyose, Izobibahembera.

فَإِن تَوَلَّوْا۟ فَإِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٌۢ بِٱلْمُفْسِدِينَ ﴿٦٣﴾

64. Ntumwa y’Imana! Bwira abahawe Igitabu mu bayahudi n’abanaswara, uti: “Enda nimuze dukurikire twebwe na mwe ijambo ritunganye ry’ukuri; ryuko tutokwiyegereza mu vyo dukora vyose tugasenga kiretse Imana Allah; tutonayibangikanya n’ikindi kintu na kimwe; tutonagira bamwe muri twebwe ibigirwamana mu gishingo c’Imana Allah”. Nibaramuka bagenjeje umugongo bakirengagiza, muraheza mubabwire muti: “Nimwemange rero mutubere ivyabona ko twebwe turi abislamu twicisha bugufi ku Mana Allah mu kuyisenga ari Imwe Rudende”.

قُلْ يَٰٓأَهْلَ ٱلْكِتَٰبِ تَعَالَوْا۟ إِلَىٰ كَلِمَةٍ سَوَآءٍۭ بَيْنَنَا وَبَيْنَكُمْ أَلَّا نَعْبُدَ إِلَّا ٱللَّهَ وَلَا نُشْرِكَ بِهِۦ شَيْـًٔا وَلَا يَتَّخِذَ بَعْضُنَا بَعْضًا أَرْبَابًا مِّن دُونِ ٱللَّهِ ۚ فَإِن تَوَلَّوْا۟ فَقُولُوا۟ ٱشْهَدُوا۟ بِأَنَّا مُسْلِمُونَ ﴿٦٤﴾

65. Emwe bahawe Igitabu mu bayahudi n’abanaswara! Ni kuki umugwi wose muri mwebwe uharira ku vyerekeye Ibrahimu (nyakugira amahoro y’Imana Allah), wemeza ko yakurikira idini ryawo, kandi Tawurati n’Injili bitamanuwe kiretse inyuma yuko amaze guhwera! Mbega none ntimugira n’ubwo kurahura ngo mutahure ko muvuga ikinyoma!

يَٰٓأَهْلَ ٱلْكِتَٰبِ لِمَ تُحَآجُّونَ فِىٓ إِبْرَٰهِيمَ وَمَآ أُنزِلَتِ ٱلتَّوْرَىٰةُ وَٱلْإِنجِيلُ إِلَّا مِنۢ بَعْدِهِۦٓ ۚ أَفَلَا تَعْقِلُونَ ﴿٦٥﴾

66. Ehe mwebwe ng’aho murubahutse guhaririza Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) ku vyo mufitiye ubumenyi mu Bitabu vyanyu! Ni kuki none muharira ku vyo mudafitiye ubumenyi mu vyerekeye Ibrahimu (nyakugira amahoro y’Imana Allah) ko yoba yakurikira idini ry’ubuyahudi canke ry’ubunaswara! Burya Imana Allah Irazi ibintu vyose, nayo mwebwe nta na kimwe muzi.

هَٰٓأَنتُمْ هَٰٓؤُلَآءِ حَٰجَجْتُمْ فِيمَا لَكُم بِهِۦ عِلْمٌ فَلِمَ تُحَآجُّونَ فِيمَا لَيْسَ لَكُم بِهِۦ عِلْمٌ ۚ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ وَأَنتُمْ لَا تَعْلَمُونَ ﴿٦٦﴾

67. Burya Ibrahimu rero ntiyigeze akurikira idini ry'ubuyahudi canke ry'ubunaswara, ariko yasenga yemera Imana Imwe Rudende Allah, yari umwislamu yicisha bugufi kuri Yo, eka ntiyari mu babangikanyamana.

مَا كَانَ إِبۡرَٰهِيمُ يَهُودِيّٗا وَلَا نَصۡرَانِيّٗا وَلَٰكِن كَانَ حَنِيفٗا مُّسۡلِمٗا وَمَا كَانَ مِنَ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ٦٧

68. Mu vy'ukuri, abakwiye kwiyitirira Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), ni abemeye ubutumwa bwiwe bakanakurikira idini ryiwe, hamwe rero n'iyi Ntumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) n'abayemeye bakayikurikira, burya kandi rero Imana Allah ni Yo Muhagarikizi w'abemeramana bubahiriza amabwirizwa yayo.

إِنَّ أَوۡلَى ٱلنَّاسِ بِإِبۡرَٰهِيمَ لَلَّذِينَ ٱتَّبَعُوهُ وَهَٰذَا ٱلنَّبِيُّ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْۗ وَٱللَّهُ وَلِيُّ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ٦٨

69. Bislamu! Mu bahawe Igitabu mu bayahudi n'abanaswara, harimwo umugwi wipfuza cane ko wobahubisha ukabakura mw'idini ryanyu ry'ubwislamu, nta n'uwo uzohubisha kiretse ukwihubisha wo nyene hamwe n'abawukurikira utabizi.

وَدَّت طَّآئِفَةٞ مِّنۡ أَهۡلِ ٱلۡكِتَٰبِ لَوۡ يُضِلُّونَكُمۡ وَمَا يُضِلُّونَ إِلَّآ أَنفُسَهُمۡ وَمَا يَشۡعُرُونَ ٦٩

70. Emwe bahawe Ibitabu vya Tawurati n'Injili! Ni kuki muhakana mwivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah Yamanuriye Intumwa zayo mu Bitabu vyanyu, vyerekana ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari yo Ntumwa yimirije kuza, n'uko ivyo ibashikirije ari kwo kuri, kandi na mwe nyene muri ivyabona kuri ukwo kuri ariko rero mukurengako mukuzi mukaguhakana.

يَٰٓأَهۡلَ ٱلۡكِتَٰبِ لِمَ تَكۡفُرُونَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَأَنتُمۡ تَشۡهَدُونَ ٧٠

71. Emwe bahawe Ibitabu vya Tawurati n'Injili! Ni kuki muvangatiranya ukuri kuri mu Bitabu mwahawe n'ikinyoma mwirementaniriza, mugaheza mukanyegeza ukuri ku biranga Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) no ku vyerekeye idini ryiwe ko ari ryo ry'ukuri kandi ivyo mubizi!

يَٰٓأَهۡلَ ٱلۡكِتَٰبِ لِمَ تَلۡبِسُونَ ٱلۡحَقَّ بِٱلۡبَٰطِلِ وَتَكۡتُمُونَ ٱلۡحَقَّ وَأَنتُمۡ تَعۡلَمُونَ ٧١

72. Umugwi w'abahawe Igitabu mu bayahudi wavuze uti: "Nimwemere mu gitondo ivyamanuriwe abemeye mu bislamu, hanyuma mubigararize bugorovye; hari n'aho bogira amakenga mw'idini ryabo bakavavanura na ryo;

وَقَالَت طَّآئِفَةٞ مِّنۡ أَهۡلِ ٱلۡكِتَٰبِ ءَامِنُواْ بِٱلَّذِيٓ أُنزِلَ عَلَى ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَجۡهَ ٱلنَّهَارِ وَٱكۡفُرُوٓاْ ءَاخِرَهُۥ لَعَلَّهُمۡ يَرۡجِعُونَ ٧٢

73. Kandi ntimuzokwemere vy'ukuri kiretse uwukurikiye idini ry'ubuyahudi". Ntumwa y'Imana! Babwire ko mu vy'ukuri uburongozi n'ubugororotsi bw'ukwemera nya kwemera bituruka ku Mana Allah. Baranavuze bati: "Ntimuhirahire ngo muserurire ubumenyi mufise n'umwe mu bislamu ngo bamenye nk'ivyo mwahawe mu Gitabu, gutyo babasumvye ubutore, canke baronke ikibagiriza ku Mana yanyu Rurema Allah". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Ingabirano z'ibintu vyose zituruka ku Mana Allah, Izihereza uwo Ishatse". Burya rero Imana Allah ni

وَلَا تُؤۡمِنُوٓاْ إِلَّا لِمَن تَبِعَ دِينَكُمۡ قُلۡ إِنَّ ٱلۡهُدَىٰ هُدَى ٱللَّهِ أَن يُؤۡتَىٰٓ أَحَدٞ مِّثۡلَ مَآ أُوتِيتُمۡ أَوۡ يُحَآجُّوكُمۡ عِندَ رَبِّكُمۡۗ قُلۡ إِنَّ ٱلۡفَضۡلَ بِيَدِ ٱللَّهِ يُؤۡتِيهِ مَن يَشَآءُۗ وَٱللَّهُ وَٰسِعٌ عَلِيمٞ ٧٣

Nyeningabirano-ntangere ku biremwa vyayo, Nyenubumenyikurivyose;

74. Igenera ku mpuhwe zayo ubutumwa n'ubugororotsi uwo Ishatse mu biremwa, burya kandi rero Imana Allah ni Yo Nyenimpano nyinshi zihambaye.

يَخۡتَصُّ بِرَحۡمَتِهِۦ مَن يَشَآءُۚ وَٱللَّهُ ذُو ٱلۡفَضۡلِ ٱلۡعَظِيمِ ٧٤

75. Burya mu bayahudi bahawe Igitabu, harimwo uwo uramutse umwizeye ukamubitsa amatungo menshi ayagusubiza adahemutse; harimwo rero n'uwo ugize ngo uramwizeye ukamubitsa idinari rimwe ahemuka, ntarigusubize kiretse igihe umwishuje n'agahato. Ivyo biterwa n'uko bihagira amatungo y'abandi bakavuga bati: "Nta caha kuri twebwe kiri mu kwihereza amatungo y'abatazi gusoma no kwandika", bakanavuga babeshera Imana Allah ko Yabarekuriye kwihereza nya matungo kandi bazi ko babesha.

۞وَمِنۡ أَهۡلِ ٱلۡكِتَٰبِ مَنۡ إِن تَأۡمَنۡهُ بِقِنطَارٖ يُؤَدِّهِۦٓ إِلَيۡكَ وَمِنۡهُم مَّنۡ إِن تَأۡمَنۡهُ بِدِينَارٖ لَّا يُؤَدِّهِۦٓ إِلَيۡكَ إِلَّا مَا دُمۡتَ عَلَيۡهِ قَآئِمٗاۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمۡ قَالُواْ لَيۡسَ عَلَيۡنَا فِي ٱلۡأُمِّيِّـۧنَ سَبِيلٞ وَيَقُولُونَ عَلَى ٱللَّهِ ٱلۡكَذِبَ وَهُمۡ يَعۡلَمُونَ ٧٥

76. Si nk'ukwo rero bavyiyumvira! Ahubwo uwutinya akagamburukira Imana Allah, ni uwubahiriza isezerano ry'Imana Allah mu gusubiza imbitso, akemera vy'ukuri Imana Allah n'Intumwa zayo akanubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah, kuko mu vy'ukuri Imana Allah Irakunda abagamburukiramana bavavanura n'ibangikanyamana hamwe n'ibindi vyaha.

بَلَىٰ مَنۡ أَوۡفَىٰ بِعَهۡدِهِۦ وَٱتَّقَىٰ فَإِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلۡمُتَّقِينَ ٧٦

77. Mu vy'ukuri, abafata isezerano ry'Imana Allah n'ivyo Imana Allah Yaraze Intumwa zayo mu Bitabu Yazimanuriye, bakabiguza ibintu vy'igiciro gito cane mu bihendamaso vy'isi, abo ni bo rero ata co bazoronka mu ndishi zo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, eka mbere Imana Allah ntizonabavugisha mu bihumuriza, ntizonabaraba n'ijisho ry'impuhwe ku musi w'izuka, ntizonabeza ivyaha vyabo, baranategekanirijwe n'ibihano bibabaza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَشۡتَرُونَ بِعَهۡدِ ٱللَّهِ وَأَيۡمَٰنِهِمۡ ثَمَنٗا قَلِيلًا أُوْلَٰٓئِكَ لَا خَلَٰقَ لَهُمۡ فِي ٱلۡأٓخِرَةِ وَلَا يُكَلِّمُهُمُ ٱللَّهُ وَلَا يَنظُرُ إِلَيۡهِمۡ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ وَلَا يُزَكِّيهِمۡ وَلَهُمۡ عَذَابٌ أَلِيمٞ ٧٧

78. Mu vy'ukuri mu bayahudi, ni ukuri harimwo umugwi uhindagura amajambo uko atari mu Gitabu bahawe, kugira mwiyumvire ko nya majambo ari mu Gitabu ca Tawurati, kandi ata yari muri Tawurati, bagaheza bakanavuga bati: "Aya majambo ava ku Mana Allah, Yayahishuriye Intumwa yayo Musa", kandi nya majambo atava ku Mana Allah, bagaheza rero bakabeshera Imana Allah kandi bazi ko bariko barabesha.

وَإِنَّ مِنۡهُمۡ لَفَرِيقٗا يَلۡوُۥنَ أَلۡسِنَتَهُم بِٱلۡكِتَٰبِ لِتَحۡسَبُوهُ مِنَ ٱلۡكِتَٰبِ وَمَا هُوَ مِنَ ٱلۡكِتَٰبِ وَيَقُولُونَ هُوَ مِنۡ عِندِ ٱللَّهِ وَمَا هُوَ مِنۡ عِندِ ٱللَّهِۖ وَيَقُولُونَ عَلَى ٱللَّهِ ٱلۡكَذِبَ وَهُمۡ يَعۡلَمُونَ ٧٨

79. Ntivyari gushika ko umuntu n'umwe mu bantu yotumwa n'Imana Allah, Ikamuha Igitabu n'amabwirizwa yo gutunganiriza ibiremwa, hanyuma agahindukira akabwira abantu yarungitsweko ati: "Nimube abaja banje maze munsenge mu gishingo c'Imana Allah", mugabo araheza akababwira ati: "Nimube intore mu bamenyi ku

مَا كَانَ لِبَشَرٍ أَن يُؤۡتِيَهُ ٱللَّهُ ٱلۡكِتَٰبَ وَٱلۡحُكۡمَ وَٱلنُّبُوَّةَ ثُمَّ يَقُولَ لِلنَّاسِ كُونُواْ عِبَادٗا لِّي مِن دُونِ ٱللَّهِ وَلَٰكِن كُونُواْ

vyo mwahora mwigisha abandi mu majambo y'Imana Allah, no ku vyo mwiga mukamenya rero muri yo";

رَبَّنِيّۧنَ بِمَا كُنتُمۡ تُعَلِّمُونَ ٱلۡكِتَٰبَ وَبِمَا كُنتُمۡ تَدۡرُسُونَ ٧٩

80. Kandi nta n'umwe muri bo yobategeka ko mugira ibigirwamana musenga mu bamalayika no mu Ntumwa. Bantu! Vyoshoboka gute ko abategeka kugarariza Imana Allah inyuma yuko mwamaze kwicisha bugufi kuri Yo mukaba abislamu!

وَلَا يَأۡمُرَكُمۡ أَن تَتَّخِذُواْ ٱلۡمَلَٰٓئِكَةَ وَٱلنَّبِيِّـۧنَ أَرۡبَابًاۚ أَيَأۡمُرُكُم بِٱلۡكُفۡرِ بَعۡدَ إِذۡ أَنتُم مُّسۡلِمُونَ ٨٠

81. Ntumwa y'Imana! Ibuka igihe Imana Allah Yaha isezerano Abavugishwamana bose Iti: "Ninabaha Igitabu n'ubutore bwo gushika ku kuri mu mvugo n'ingiro, hanyuma Nkabarungikira Intumwa ishimangira ukuri musanganywe, ko mutegerezwa kuyemera no kuyitabara", maze Imana Allah Ikababaza bose Iti: "None iryo sezerano, mwaryemeye muremanga kuryubahiriza?". Barishuye bati: "Ego cane! Twemanze kuryubahiriza". Imana Allah Ica Ivuga Iti: "Nimwibere rero ivyabona ku vyo dusezeranye, mubere n'ivyabona abantu banyu kuri iryo sezerano, nanje Ndi kumwe na mwe mu vyabona bizobagiriza mwese[1]".

وَإِذۡ أَخَذَ ٱللَّهُ مِيثَٰقَ ٱلنَّبِيِّـۧنَ لَمَآ ءَاتَيۡتُكُم مِّن كِتَٰبٖ وَحِكۡمَةٖ ثُمَّ جَآءَكُمۡ رَسُولٞ مُّصَدِّقٞ لِّمَا مَعَكُمۡ لَتُؤۡمِنُنَّ بِهِۦ وَلَتَنصُرُنَّهُۥۚ قَالَ ءَأَقۡرَرۡتُمۡ وَأَخَذۡتُمۡ عَلَىٰ ذَٰلِكُمۡ إِصۡرِيۖ قَالُوٓاْ أَقۡرَرۡنَاۚ قَالَ فَٱشۡهَدُواْ وَأَنَا۠ مَعَكُم مِّنَ ٱلشَّٰهِدِينَ ٨١

82. Abazogenza umugongo rero bakirengagiza ubutumwa bw'ubwislamu inyuma y'aho bashikiriwe n'iri sezerano Imana Allah Yahaye Abavugishwamana n'Intumwa zayo, abo rero ni vyo bigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah;

فَمَن تَوَلَّىٰ بَعۡدَ ذَٰلِكَ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡفَٰسِقُونَ ٨٢

83. Mbega none! Ivyo bigaba bishaka gukurikira idini ritari iry'Imana Allah ry'ubwislamu[2], kandi ibiremwa vyo mu majuru no mw'isi vyicisha bugufi kuri Yo, ku bushake mu gihe c'igamburuka ry'abemeramana muri vyo; bikicisha bugufi vyanka vyakunda no mu gihe ibigarariza muri vyo bishikiwe n'ivyago! Kukaba nkako rero, n'ibindi biremwa vyose biricisha bugufi kuri Yo, ni no kuri Yo bizosubizwa bimaze guhwera kugira biharurirwe biheze bihemberwe ivyo vyakoze.

أَفَغَيۡرَ دِينِ ٱللَّهِ يَبۡغُونَ وَلَهُۥٓ أَسۡلَمَ مَن فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ طَوۡعٗا وَكَرۡهٗا وَإِلَيۡهِ يُرۡجَعُونَ ٨٣

84. Ntumwa y'Imana! Bwira abagarariji uti: "Twaremeye Imana Allah, nta n'iyindi mana twemera atari Yo, twaranemeye ivyo Yaduhishuriye n'ivyo Yahishuriye Ibrahimu, abahungu biwe Ismayili na Is-haqa, umwuzukuru wiwe Yakubu mwene Is-haka, Intumwa zikomoka kuri Yakubu zarungitswe mu moko cumi n'abiri

قُلۡ ءَامَنَّا بِٱللَّهِ وَمَآ أُنزِلَ عَلَيۡنَا وَمَآ أُنزِلَ عَلَىٰٓ إِبۡرَٰهِيمَ وَإِسۡمَٰعِيلَ وَإِسۡحَٰقَ وَيَعۡقُوبَ وَٱلۡأَسۡبَاطِ وَمَآ أُوتِيَ مُوسَىٰ وَعِيسَىٰ

[1] Iyi Aayah iremeza ko Imana Allah Yahaye isezerano Abavugishwamana n'Intumwa zose, hamwe rero n'abantu zarungitsweko, ko bemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

[2] Ari na ryo dini ryarungikanwe Intumwa zose, rigashimangirwa n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

ya Bene Israyeli, ivyahawe Intumwa Musa na Isa muri Tawurati no mu Njili, hamwe rero n'ivyamanuriwe abandi Bavugishwamana, abo bose turabemera tutavanguye n'umwe muri bo, kandi rero twebwe turi abislamu twicisha bugufi ku Mana Allah".

وَٱلنَّبِيُّونَ مِن رَّبِّهِمْ لَا نُفَرِّقُ بَيْنَ أَحَدٍ مِّنْهُمْ وَنَحْنُ لَهُۥ مُسْلِمُونَ ﴿٨٤﴾

85. Uwurondera kwubahiriza idini ritari iry'ubwislamu[1] ntazoryakirirwa namba, kandi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa azoba mu bahomvye ubuzima bwabo bwose.

وَمَن يَبْتَغِ غَيْرَ ٱلْإِسْلَٰمِ دِينًا فَلَن يُقْبَلَ مِنْهُ وَهُوَ فِى ٱلْءَاخِرَةِ مِنَ ٱلْخَٰسِرِينَ ﴿٨٥﴾

86. Ni gute Imana Allah Yorongora abantu bagararije Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) inyuma y'aho bamwemeye bakanemeza ata guhigimanga ko ubutumwa bwayo ari ubw'ukuri, bakanashikirwa n'ivyemezo vyerekana ko ivyo ari kwo kuri! Burya Imana Allah ntirongora abantu birenganya mu kugarariza ukuri bagahitamwo ikinyoma;

كَيْفَ يَهْدِى ٱللَّهُ قَوْمًا كَفَرُوا۟ بَعْدَ إِيمَٰنِهِمْ وَشَهِدُوٓا۟ أَنَّ ٱلرَّسُولَ حَقٌّ وَجَآءَهُمُ ٱلْبَيِّنَٰتُ ۚ وَٱللَّهُ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٨٦﴾

87. Abo ni bo rero, indishi yabo ari ivumwe rivuye ku Mana Allah, ivumwe ry'abamalayika n'iry'abantu bose;

أُو۟لَٰٓئِكَ جَزَآؤُهُمْ أَنَّ عَلَيْهِمْ لَعْنَةَ ٱللَّهِ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةِ وَٱلنَّاسِ أَجْمَعِينَ ﴿٨٧﴾

88. Bazoguma muri nya mivumo nyene no mu muriro ibihe bidahera, ntibazotezurirwa na gato mu bihano ngo baruhuke, eka mbere bobo ntibazohabwa agahengwe ngo biregure ku vyaha bakoze;

خَٰلِدِينَ فِيهَا لَا يُخَفَّفُ عَنْهُمُ ٱلْعَذَابُ وَلَا هُمْ يُنظَرُونَ ﴿٨٨﴾

89. Kiretse abagarutse ku Mana Allah bakigaya bikwiye inyuma yo kugarariza, bagaheza bakanatunganya ivyo bononye ku kwigaya, abo rero mu vy'ukuri Imana Allah Izobakirira ukwigaya kwabo, ni Nyenikigongwe-ntangere, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِلَّا ٱلَّذِينَ تَابُوا۟ مِنۢ بَعْدِ ذَٰلِكَ وَأَصْلَحُوا۟ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٨٩﴾

90. Mu vy'ukuri, abagararije inyuma y'ukwemera kwabo bakanatsimbatara ku bugarariji gushika guhwera, ntibazokwakirirwa ukwigaya kwabo bari ku mpfiro, abo ni na bo rero bahuvye inzira y'Imana Allah.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ بَعْدَ إِيمَٰنِهِمْ ثُمَّ ٱزْدَادُوا۟ كُفْرًا لَّن تُقْبَلَ تَوْبَتُهُمْ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلضَّآلُّونَ ﴿٩٠﴾

91. Mu vy'ukuri, abahakanye bivuye inyuma ubutumwa bwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bagapfa bakigarariza Imana Allah n'Intumwa yayo, ku musi w'izuka nta n'umwe muri bo azokwemererwa gutanga inzahabu zuzuye isi yose kugira yigombore mu bihano vy'Imana Allah, n'aho yoba ashoboye koko kuzitanga mu kwigombora, abo ni bo rero bategekanirijwe ibihano bibabaza cane, eka mbere ntibazoronka ababatabara mu kubakingira ibihano vy'Imana Allah.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَمَاتُوا۟ وَهُمْ كُفَّارٌ فَلَن يُقْبَلَ مِنْ أَحَدِهِم مِّلْءُ ٱلْأَرْضِ ذَهَبًا وَلَوِ ٱفْتَدَىٰ بِهِۦٓ ۗ أُو۟لَٰٓئِكَ لَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ وَمَا لَهُم مِّن نَّٰصِرِينَ ﴿٩١﴾

92. Ntimuzoronka Ubwami bw'ijuru mutabanje gutanga imperezwa mu vyo mukunda, kanatsinda ikintu ico ari co cose muzotanga mu mperezwa uko kingana kwose, mu

لَن تَنَالُوا۟ ٱلْبِرَّ حَتَّىٰ تُنفِقُوا۟ مِمَّا تُحِبُّونَ ۚ وَمَا تُنفِقُوا۟ مِن شَىْءٍ فَإِنَّ ٱللَّهَ بِهِۦ عَلِيمٌ ﴿٩٢﴾

[1] Raba insiguro y'ubwislamu mu nsiguro ya Aayah ya 19 muri iki gisomwa.

vy'ukuri Imana Allah Irakizi kandi Izohembera umwe wese ku co yatanze.

93. Imfungurwa zose nziza, zari zirekuwe gufungurwa kuri Bene Israyeli (abana ba Yakubu nyakugira amahoro y'Imana Allah), kiretse izo Yakubu wenyene ubwiwe yaziririje gufungura ku gatwe kiwe, ku mvo z'indwara yarwaye imbere yuko Tawurati imanurwa n'Imana Allah. Tawurati imaze kumanurwa, Imana Allah Yashotse Iziririza zimwe mu mfungurwa Bene Israyeli bari barekuriwe gufungura kubera ukwirenganya kwabo. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Enda nimuzane rero Tawurati maze musome ibirimwo, nimwaba muri imvugakuri ko harimwo iziririzwa ry'ivyo Yakubu yaziririje gufungura ku gatwe kiwe".

كُلُّ ٱلطَّعَامِ كَانَ حِلًّا لِّبَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ إِلَّا
مَا حَرَّمَ إِسْرَٰٓءِيلُ عَلَىٰ نَفْسِهِۦ مِن قَبْلِ أَن
تُنَزَّلَ ٱلتَّوْرَىٰةُ ۗ قُلْ فَأْتُوا۟ بِٱلتَّوْرَىٰةِ فَٱتْلُوهَآ
إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٩٣﴾

94. Ni ukwo rero, uwo wese azorementaniriza Imana Allah inyuma yo gusoma Tawurati, ukuri kukagaragara ko Imana Allah ata co Yigeze Iziririza mu mfungurwa imbere yo kuyimanura, uyo rero ni we azoba ari mu birenganije mu kurementaniriza Imana Allah.

فَمَنِ ٱفْتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ ٱلْكَذِبَ مِنۢ بَعْدِ
ذَٰلِكَ فَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ﴿٩٤﴾

95. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Imana Allah Yavuze ukuri mu ngingo Yashinze". Kubera ivyo rero, nimwaba mukomoka koko kuri Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), nimukurikire rero idini ryiwe ry'ubwislamu rishingiye ku kwemera-ndemanwa; ari na ryo dini Imana Allah Yarungikanye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), rishingiye ku gusenga Imana Imwe Rudende Allah, kira noneho Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ntiyari no mu babangikanyamana.

قُلْ صَدَقَ ٱللَّهُ ۗ فَٱتَّبِعُوا۟ مِلَّةَ إِبْرَٰهِيمَ حَنِيفًا ۖ
وَمَا كَانَ مِنَ ٱلْمُشْرِكِينَ ﴿٩٥﴾

96. Mu vy'ukuri, ingoro ya mbere yubatswe kw'isi kugira abantu bayisengeremwo Imana Allah, ni ukuri ni ingoro ntagatifu iri i Makka. Iyo ngoro, irahezagiwe n'imigisha myinshi; kuyitumbera mu gusenga, kuyishengerera no kuyigendera, harimwo n'uburongozi ku bantu bose.

إِنَّ أَوَّلَ بَيْتٍ وُضِعَ لِلنَّاسِ لَلَّذِى بِبَكَّةَ
مُبَارَكًا وَهُدًى لِّلْعَٰلَمِينَ ﴿٩٦﴾

97. Muri iyo ngoro, harimwo kandi n'ibimenyetso bigaragara vyerekana ko yubatswe na Ibrahimu, n'uko ari ahantu hubashwe hahezagiwe. Muri ivyo bimenyetso, ni nk'ubuhagararo[1] bwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah). Uwinjiye muri iyo ngoro, aba atekaniwe nta n'umwe arekuriwe kumuhungabanya. Imana Allah Yarategetse rero ko umwislamu uwo ari we wese afise ubushobozi, aja kuyishengerera. Mu vy'ukuri, uwuhakanye ibwirizwa ryo gushengerera iyo ngoro aba

فِيهِ ءَايَٰتٌۢ بَيِّنَٰتٌ مَّقَامُ إِبْرَٰهِيمَ ۖ وَمَن
دَخَلَهُۥ كَانَ ءَامِنًا ۗ وَلِلَّهِ عَلَى ٱلنَّاسِ حِجُّ
ٱلْبَيْتِ مَنِ ٱسْتَطَاعَ إِلَيْهِ سَبِيلًا ۚ وَمَن
كَفَرَ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَنِىٌّ عَنِ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٩٧﴾

[1] Ubuhagararo bwa Ibrahimu, ni ibuye Ibrahimu yahagarayeko mu kuduza iyo nyubakwa, ari kumwe n'umuhungu wiwe Ismayili. Iryo buye rero, n'ubu ririho.

agararije, kira noneho Imana Allah Irikenuye, nta co Ikeneye ku biremwa.

قُلْ يَٰٓأَهْلَ ٱلْكِتَٰبِ لِمَ تَكْفُرُونَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَٱللَّهُ شَهِيدٌ عَلَىٰ مَا تَعْمَلُونَ ﴿٩٨﴾

98. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Emwe bahawe Igitabu! Ni kuki mugarariza mu guhakana ivyemezo biturutse ku Mana Allah, vyemeza ko idini ry'Imana Allah ari ubwislamu, mugahakana mwivuye inyuma n'ivyemezo biri mu Bitabu vyanyu vyemeza ukwo kuri kandi mubizi!", burya Imana Allah ni Icabona ku vyo mukora.

قُلْ يَٰٓأَهْلَ ٱلْكِتَٰبِ لِمَ تَصُدُّونَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ مَنْ ءَامَنَ تَبْغُونَهَا عِوَجًا وَأَنتُمْ شُهَدَآءُ ۗ وَمَا ٱللَّهُ بِغَٰفِلٍ عَمَّا تَعْمَلُونَ ﴿٩٩﴾

99. Ntumwa y'Imana! Bwira abayahudi n'abanaswara uti: "Ni kuki muburagiza uwushatse kwinjira mu bwislamu mugashaka kumuhubisha, kandi na mwe muzi neza ko idini ry'ubwislamu ari iry'ukuri!". Burya Imana Allah ntiyirengagiza namba ivyo mukora, Izobibahembera.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ إِن تُطِيعُوا۟ فَرِيقًا مِّنَ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ يَرُدُّوكُم بَعْدَ إِيمَٰنِكُمْ كَٰفِرِينَ ﴿١٠٠﴾

100. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwaramuka mwumviye umugwi w'abahawe Igitabu, bazobahubisha mu kubatera amakenga mw'idini ryanyu kugira murite, inyuma y'aho mwari abemeramana;

وَكَيْفَ تَكْفُرُونَ وَأَنتُمْ تُتْلَىٰ عَلَيْكُمْ ءَايَٰتُ ٱللَّهِ وَفِيكُمْ رَسُولُهُۥ ۗ وَمَن يَعْتَصِم بِٱللَّهِ فَقَدْ هُدِىَ إِلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿١٠١﴾

101. Bemeramana! Ni gute mwogarariza Imana Allah mu gihe musomerwa Aayah za Qor'ani, kandi n'Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ikaba iri kumwe na mwe! Uwo wese azokwishimikiza Imana Allah, maze akagumya ata guhesha Igitabu cayo Qor'ani, akanagendera inyigisho n'imigenzo vy'intumwa, ni ukuri azoba yashobojwe gutumbera inzira igororotse igana ku Mana Allah.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ حَقَّ تُقَاتِهِۦ وَلَا تَمُوتُنَّ إِلَّا وَأَنتُم مُّسْلِمُونَ ﴿١٠٢﴾

102. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimutinye Imana Allah ukuri kwo kuyitinya mu kuyigamburukira mu vyo mukora; muyumvire ata kugabitanya, muyishimire ata kwihakana inema zayo, muyininahaze ata kugotwa, maze mutsimbatare kw'idini ryanyu gushika gupfa.

وَٱعْتَصِمُوا۟ بِحَبْلِ ٱللَّهِ جَمِيعًا وَلَا تَفَرَّقُوا۟ ۚ وَٱذْكُرُوا۟ نِعْمَتَ ٱللَّهِ عَلَيْكُمْ إِذْ كُنتُمْ أَعْدَآءً فَأَلَّفَ بَيْنَ قُلُوبِكُمْ فَأَصْبَحْتُم بِنِعْمَتِهِۦٓ إِخْوَٰنًا وَكُنتُمْ عَلَىٰ شَفَا حُفْرَةٍ مِّنَ ٱلنَّارِ فَأَنقَذَكُم مِّنْهَا ۗ كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمْ ءَايَٰتِهِۦ لَعَلَّكُمْ تَهْتَدُونَ ﴿١٠٣﴾

103. Muraheza rero mugumye mwese ata guhesha Igitabu c'Imana Allah ca Qor'ani hamwe n'inyigisho n'imigenzo vy'intumwa, ntimuzohirahire ngo mugire icotuma mucanamwo. Muraheza mwibuke kandi inema y'Imana Allah Yabahundagajeko, igihe mwari abansi bankana urunuka muhigana buhongo, maze Imana Allah Ihuriza imitima yanyu ku kuyikunda no gukunda Intumwa yayo, Inashira urukundo mu mitima yanyu, mushoka muba abavandimwe barangwa n'urukundo bitewe n'ingabirano yayo. Ico gihe mwahakwa kugwa mu muriro wa Jahannamu, Imana Allah Iraheza Iwubarokoramwo, Ibarongora mu bwislamu. Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Yabatomoreye ibiranga ukwemera nya kwemera -

Ibatomorera ivyotuma mubaho mu mahirwe, kugira murongoke mu nzira yayo.

وَلْتَكُن مِّنكُمْ أُمَّةٌ يَدْعُونَ إِلَى ٱلْخَيْرِ وَيَأْمُرُونَ بِٱلْمَعْرُوفِ وَيَنْهَوْنَ عَنِ ٱلْمُنكَرِ ۚ وَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ﴿١٠٤﴾

104. Bemeramana! Muri mwebwe rero, nihabe umugwi urarikira abandi gukora ineza, ubwiriza gukora ivyiza vy'ubwoko bwose ukanabuza gukora ibibi vy'ubwoko bwose. Abo ni na bo rero bazoronka intsinzi y'Ubwami bw'ijuru.

وَلَا تَكُونُوا۟ كَٱلَّذِينَ تَفَرَّقُوا۟ وَٱخْتَلَفُوا۟ مِنۢ بَعْدِ مَا جَآءَهُمُ ٱلْبَيِّنَٰتُ ۚ وَأُوْلَٰٓئِكَ لَهُمْ عَذَابٌ عَظِيمٌ ﴿١٠٥﴾

105. Bemeramana! Ntimukabe rero nk'abahawe Igitabu biciyemwo imigwimigwi kubera urwanko n'inzigo, bituma bacanamwo ku vyerekeye ishingiro ry'idini ryabo inyuma y'aho bashikiriwe n'ivyemezo bagatomokerwa ukuri. Abo ni na bo rero bakwiye ibihano ruhasha;

يَوْمَ تَبْيَضُّ وُجُوهٌ وَتَسْوَدُّ وُجُوهٌ ۚ فَأَمَّا ٱلَّذِينَ ٱسْوَدَّتْ وُجُوهُهُمْ أَكَفَرْتُم بَعْدَ إِيمَٰنِكُمْ فَذُوقُوا۟ ٱلْعَذَابَ بِمَا كُنتُمْ تَكْفُرُونَ ﴿١٠٦﴾

106. Ku musi w'izuka. Umusi abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, bazosayangana mu maso buzuye akamwemwe ku kandi; abayigararije bakiyamiriza n'Intumwa yayo na bo bakazokwijirirwa mu maso, bishwe n'amagorwa. Abazokwijirirwa mu maso rero, bazobwirwa ku gashinyaguro n'akantu bati: "Mbega ntu! Mwagararije inyuma y'ukwemera kwanyu, muraheza mwigura ubugarariji! Nimuhonje rero ibihano bitewe n'ukuntu mwahora mugarariza".

وَأَمَّا ٱلَّذِينَ ٱبْيَضَّتْ وُجُوهُهُمْ فَفِى رَحْمَةِ ٱللَّهِ ۖ هُمْ فِيهَا خَٰلِدُونَ ﴿١٠٧﴾

107. Nayo abazosayangana mu maso buzuye akamwemwe ku kandi, bazoja mu Bwami bw'ijuru ku mpuhwe z'Imana Allah, bobo rero bazobubamwo ibihe bidahera.

تِلْكَ ءَايَٰتُ ٱللَّهِ نَتْلُوهَا عَلَيْكَ بِٱلْحَقِّ ۗ وَمَا ٱللَّهُ يُرِيدُ ظُلْمًا لِّلْعَٰلَمِينَ ﴿١٠٨﴾

108. Ntumwa y'Imana! Ivyo rero, ni Aayah n'ivyemezo bigaragara vy'Imana Allah vy'ukuri Tugusomera Twebwe Allah. Burya rero, Imana Allah ntiyigera Irenganya na gato n'umwe mu biremwa vyayo, mu kurengerezwa urugero rw'ibihano canke mu kugabanywa indishi.

وَلِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ۚ وَإِلَى ٱللَّهِ تُرْجَعُ ٱلْأُمُورُ ﴿١٠٩﴾

109. Imana Allah ni na Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo. Kandi rero ibiremwa vyose bizosubira kuri Yo kugira Ihembe kimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye.

كُنتُمْ خَيْرَ أُمَّةٍ أُخْرِجَتْ لِلنَّاسِ تَأْمُرُونَ بِٱلْمَعْرُوفِ وَتَنْهَوْنَ عَنِ ٱلْمُنكَرِ وَتُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ ۗ وَلَوْ ءَامَنَ أَهْلُ ٱلْكِتَٰبِ لَكَانَ خَيْرًا لَّهُم ۚ مِّنْهُمُ ٱلْمُؤْمِنُونَ وَأَكْثَرُهُمُ ٱلْفَٰسِقُونَ ﴿١١٠﴾

110. Bantu mwakurikiye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)! Ni mwebwe abeza b'abantu, mukaba na ba kirumara ku bantu; mubwiriza gukora ivyiza vy'ubwoko bwose mukabuza no gukora ibibi vy'ubwoko bwose, mukanemera Imana Allah ukwemera kubonekera mu bikorwa. Iyo rero abahawe Igitabu bemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bakemera na Qor'ani; nk'uko mwemeye, ni ukuri vyari kuba vyiza cane kuri bo mu buzima bwo kw'isi n'ubw'inyuma yo gupfa. Muri bo, harimwo bake bemera

ubutumwa bwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarungikanwe bakabwubahiriza; hakabamwo rero n'abandi benshi b'ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

لَن يَضُرُّوكُمْ إِلَّآ أَذًى ۖ وَإِن يُقَٰتِلُوكُمْ يُوَلُّوكُمُ ٱلْأَدْبَارَ ثُمَّ لَا يُنصَرُونَ ﴿١١١﴾

111. Noneho rero nta co bazobicira kiretse kubageramira mu kuvuga amajambo y'ibangikanyamana n'igarariza. Nibaramuka babarwanije naho, bazoneshwa bate bomoke, hanyuma ntibazotabarwa ngo babatsinde.

ضُرِبَتْ عَلَيْهِمُ ٱلذِّلَّةُ أَيْنَ مَا ثُقِفُوٓا۟ إِلَّا بِحَبْلٍ مِّنَ ٱللَّهِ وَحَبْلٍ مِّنَ ٱلنَّاسِ وَبَآءُو بِغَضَبٍ مِّنَ ٱللَّهِ وَضُرِبَتْ عَلَيْهِمُ ٱلْمَسْكَنَةُ ۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ كَانُوا۟ يَكْفُرُونَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَيَقْتُلُونَ ٱلْأَنۢبِيَآءَ بِغَيْرِ حَقٍّ ۚ ذَٰلِكَ بِمَا عَصَوا۟ وَّكَانُوا۟ يَعْتَدُونَ ﴿١١٢﴾

112. Abayahudi, Imana Allah Yaramaze kubahomera n'agasuzuguro aho hose bazoba bari, kiretse kw'isezerano bahawe n'Imana Allah n'iryo bahawe n'abantu, kugira ngo umutekano wabo hamwe n'ivyabo bikingirwe[1]. Barakwiye rero ishavu ry'Imana Allah, baranahomewe n'agasuzuguro ko gutinya abemeramana. Ivyo bikaba biterwa n'ukuntu bahora bagarariza Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, bakica n'Abavugishwamana ku karenganyo, ivyo bakaba babitewe n'ibicumuro bakora, bari n'abantu barenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

لَيْسُوا۟ سَوَآءً ۗ مِّنْ أَهْلِ ٱلْكِتَٰبِ أُمَّةٌ قَآئِمَةٌ يَتْلُونَ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ ءَانَآءَ ٱلَّيْلِ وَهُمْ يَسْجُدُونَ ﴿١١٣﴾

113. Burya abahawe Igitabu ntibanganya ukwemera; muri bo harimwo umugwi w'abagororotsi bemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bakarara barasoma Aayah za Qor'ani mu gicugu banubamira Imana Allah mu gusenga;

يُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْـَٔاخِرِ وَيَأْمُرُونَ بِٱلْمَعْرُوفِ وَيَنْهَوْنَ عَنِ ٱلْمُنكَرِ وَيُسَٰرِعُونَ فِى ٱلْخَيْرَٰتِ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ مِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿١١٤﴾

114. Bemera Imana Allah n'umusi w'imperuka, bakabwiriza no gukora ivyiza vy'ubwoko bwose bakanabuza gukora ibibi vy'ubwoko bwose, bakanahurumbira gukora ivyiza. Abo ni na bo rero bari mu beranda;

وَمَا يَفْعَلُوا۟ مِنْ خَيْرٍ فَلَن يُكْفَرُوهُ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌۢ بِٱلْمُتَّقِينَ ﴿١١٥﴾

115. Ico ari co cose rero bagize mu vyiza uko kingana kwose, ntibazokirenganywako, kizoshimwa maze bagihemberwe. Burya Imana Allah Irazi neza ibikorwa n'abagamburukiramana.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لَن تُغْنِىَ عَنْهُمْ أَمْوَٰلُهُمْ وَلَآ أَوْلَٰدُهُم مِّنَ ٱللَّهِ شَيْـًٔا ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ أَصْحَٰبُ ٱلنَّارِ ۖ هُمْ فِيهَا خَٰلِدُونَ ﴿١١٦﴾

116. Mu vy'ukuri, abagararije Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, bakanahakana bivuye inyuma Intumwa zayo, amatungo yabo hamwe n'abana babo nta na kimwe bizobamarira nibahanwa n'Imana Allah kw'isi, canke mu buzima bw'inyuma yo gupfa, abo ni na bo bantu rero bo mu muriro, bobo bazowubamwo ibihe bidahera.

مَثَلُ مَا يُنفِقُونَ فِى هَٰذِهِ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا كَمَثَلِ رِيحٍ فِيهَا صِرٌّ أَصَابَتْ حَرْثَ قَوْمٍ

117. Akarorero k'ivyo abagarariji batanga mu vyiza bazeyeko indishi ku Mana Allah mu buzima bwo kw'isi, ni nk'igihuhusi kirimwo igikonyozi, maze nya gihuhusi kigahitana ibiterwa vy'abantu baziga kuzosarura, maze ku

[1] Mu gihe boreka kugeramira no kuburagiza ubwislamu n'abislamu. Iryo sezerano ryitwa "AQDU DHIMMAH".

kubera ivyaha bakoze, nya gihuhusi kigahonya vya biterwa vyose. Abagarariji rero, nta ndishi bazoronka mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kira noneho, Imana Allah ntizoba Ibarenganije namba, ahubwo ni bo birenganije mu kugarariza no kugabitanya ku Mana Allah.

ظَلَمُوٓاْ أَنفُسَهُمۡ فَأَهۡلَكۡتُهُۚ وَمَا ظَلَمَهُمُ ٱللَّهُ وَلَٰكِنۡ أَنفُسَهُمۡ يَظۡلِمُونَ ١١٧

118. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukagire abagarariji ba somambike babahagarikira mu vyanyu, mwirengagije abemeramana muri mwebwe. Ntibahesha mu kubipfuriza inabi; baranahimbarwa n'uko mushikiwe n'ivyago. Ni ukuri urwanko babafitiye rwaramaze kugaragazwa n'amajambo bavuga, nayo akanyegejwe mu mishaha yabo mu rwanko babafitiye, karahinda. Ni ukuri, Twebwe Allah Twaramaze kubatomorera ivyemezo vyotuma mubiyubara nimwaba mutegera mugatahura amabwirizwa y'Imana Allah.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَتَّخِذُواْ بِطَانَةً مِّن دُونِكُمۡ لَا يَأۡلُونَكُمۡ خَبَالٗا وَدُّواْ مَا عَنِتُّمۡ قَدۡ بَدَتِ ٱلۡبَغۡضَآءُ مِنۡ أَفۡوَٰهِهِمۡ وَمَا تُخۡفِي صُدُورُهُمۡ أَكۡبَرُۚ قَدۡ بَيَّنَّا لَكُمُ ٱلۡأٓيَٰتِۖ إِن كُنتُمۡ تَعۡقِلُونَ ١١٨

119. Bemeramana! Ehe mwebwe ico mwihendako, ni uko mubakunda mukabagirira ubugwaneza kandi na bo batigera babakunda na gato; mukemera Ibitabu vyose vyamanuwe harimwo n'Igitabu cabo, mu gihe bo batemera Igitabu canyu Qor'ani. Ni gute none mwobakunda! No mu gihe bahuye na mwe barabiyorobekako bakababwira bati: "Twaremeye!"; biherera naho, bakicwa n'intuntu n'akantu babahigira kw'ishavu n'ishari babafitiye. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Nimwicwe rero n'ishavu!". Mu vy'ukuri, Imana Allah Irazi neza ibiri mu mishaha, Izohemba umwe wese ku co yakoze; caba iciza canke ikibi.

هَٰٓأَنتُمۡ أُوْلَآءِ تُحِبُّونَهُمۡ وَلَا يُحِبُّونَكُمۡ وَتُؤۡمِنُونَ بِٱلۡكِتَٰبِ كُلِّهِۦ وَإِذَا لَقُوكُمۡ قَالُوٓاْ ءَامَنَّا وَإِذَا خَلَوۡاْ عَضُّواْ عَلَيۡكُمُ ٱلۡأَنَامِلَ مِنَ ٱلۡغَيۡظِۚ قُلۡ مُوتُواْ بِغَيۡظِكُمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمُۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ١١٩

120. Bemeramana! Mu vyerekana urwanko babafitiye, ni uko iyo mushikiwe n'iciza; nk'intsinzi ku rugamba canke kuronka iminyago, bibatera ishavu n'agahinda. Iyo naho mushikiwe n'ikiza[1], birabahimbara. Nimwihanganira rero ibiza bibashikira, mugaheza mukagamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, kubarwanya kwabo ku rwenge nta na kimwe kuzobicira. Mu vy'ukuri, Imana Allah mu bumenyi bwayo, Irakikuje ivyo bakora vyose, kandi Izobibahembera.

إِن تَمۡسَسۡكُمۡ حَسَنَةٞ تَسُؤۡهُمۡ وَإِن تُصِبۡكُمۡ سَيِّئَةٞ يَفۡرَحُواْ بِهَاۖ وَإِن تَصۡبِرُواْ وَتَتَّقُواْ لَا يَضُرُّكُمۡ كَيۡدُهُمۡ شَيۡـًٔاۗ إِنَّ ٱللَّهَ بِمَا يَعۡمَلُونَ مُحِيطٞ ١٢٠

121. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe wasohoka mu bawe witeguriye guhangana n'ababangikanyamana ku rugamba rwa Uhudi, utondeka neza ingendanyi zawe, umwe wese mu kibanza akwiye. Burya Imana Allah ni Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi n'ivyo mukora;

وَإِذۡ غَدَوۡتَ مِنۡ أَهۡلِكَ تُبَوِّئُ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ مَقَٰعِدَ لِلۡقِتَالِۗ وَٱللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ١٢١

122. Muvugishwamana! Ibuka n'ivyashikiye Bene Salima na Bene Haaritha, igihe batekerwa n'ubwoba bagashaka guhunga urugamba bari kumwe n'indyarya karuhariwe

إِذۡ هَمَّت طَّآئِفَتَانِ مِنكُمۡ أَن تَفۡشَلَا وَٱللَّهُ وَلِيُّهُمَاۗ وَعَلَى ٱللَّهِ فَلۡيَتَوَكَّلِ

[1] Nko kuneshwa ku rugamba, gukehanirwa n'amatungo canke umwimbu canke kubura abanyu.

Abdullahi mwene Ubayyi, batinya guhangana n'umwansi, ariko Imana Allah Umuhagarikizi wabo Yarakinze baraheza bararinda baja ku rugamba bizeye Imana Allah. Kubera ivyo rero, abemeramana nyabuna nibishimikize gusa Imana Allah bayizere.

ٱلْمُؤْمِنُونَ ﴿١٢٢﴾

123. Bemeramana! Ni ukuri, Imana Allah Yarabahaye intsinzi ku rugamba rwa Badri, muraheza muranesha abansi banyu kandi mwari bake, mufise n'ibirwanisho bibayabaye, enda rero nimugamburukire Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, kugira mushime inema zayo.

وَلَقَدْ نَصَرَكُمُ ٱللَّهُ بِبَدْرٍ وَأَنتُمْ أَذِلَّةٌ ۖ فَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ لَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ ﴿١٢٣﴾

124. Muvugishwamana! Ibuka n'igihe ingendanyi zawe zabangamirwa n'irungikwa ry'ingabo zije gutabara ababangikanyamana ku rugamba rwa Badri, maze Tukaguhishurira ko wozibwira uti: "Ntibibakwiye ko Imana yanyu Rurema Allah Ibarungikira ingabo zigera ku bihumbi bitatu vy'abamalayika, bamanutse bava mw'ijuru bagana ku rugamba, kugira babatere inkunga banabatsimbataze ku rugamba!".

إِذْ تَقُولُ لِلْمُؤْمِنِينَ أَلَن يَكْفِيَكُمْ أَن يُمِدَّكُمْ رَبُّكُم بِثَلَٰثَةِ ءَالَٰفٍ مِّنَ ٱلْمَلَٰٓئِكَةِ مُنزَلِينَ ﴿١٢٤﴾

125. Ego cane, ico gitigiri kirabakwiye! Nimwaramuka mwihanganye ku rugamba rero, mukanagamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, maze ababangikanyamana bakaza banyaragasa kubarwanya bibwira ko babanesha, muri ico gihe Imana Allah Izoca Ibarungikira ingabo zigera ku bihumbi bitanu vy'abamalayika, bafise n'ibimenyetso bibaranga, bo hamwe n'ifarasi zabo.

بَلَىٰٓ ۚ إِن تَصْبِرُوا۟ وَتَتَّقُوا۟ وَيَأْتُوكُم مِّن فَوْرِهِمْ هَٰذَا يُمْدِدْكُمْ رَبُّكُم بِخَمْسَةِ ءَالَٰفٍ مِّنَ ٱلْمَلَٰٓئِكَةِ مُسَوِّمِينَ ﴿١٢٥﴾

126. Iryo rungikwa ry'ingabo z'abamalayika, Imana Allah ntiyarigize atari ukugira ngo Ibahe agakuru keza k'intsinzi, no kugira rero imitima yanyu iturure. Burya nta ntsinzi iboneka kiretse iyivuye ku Mana Allah, ni Yo rero Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَمَا جَعَلَهُ ٱللَّهُ إِلَّا بُشْرَىٰ لَكُمْ وَلِتَطْمَئِنَّ قُلُوبُكُم بِهِۦ ۚ وَمَا ٱلنَّصْرُ إِلَّا مِنْ عِندِ ٱللَّهِ ٱلْعَزِيزِ ٱلْحَكِيمِ ﴿١٢٦﴾

127. Intsinzi mwaronse ku rugamba rwa Badri, yabonetse kugira Imana Allah Ihonye umugwi mu bagararije wicwe, canke Yicishe intuntu yo kuneshwa abarokotse muri bo, baheze basubire inyuma bamaramaye, bijiriwe.

لِيَقْطَعَ طَرَفًا مِّنَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ أَوْ يَكْبِتَهُمْ فَيَنقَلِبُوا۟ خَآئِبِينَ ﴿١٢٧﴾

128. Ntumwa y'Imana! Nta co ubazwa ku vyerekeye ihanwa canke ibabarirwa ry'ibiremwa, ivyabo vyose bijejwe Imana Allah, hari n'aho ababakurwanya bokwinjira mu bwislamu, maze Imana Allah Ikababababarira, canke bakabandanya bagarariza, Imana Allah Igaheza Ikabahana ku kwirenganya kwabo.

لَيْسَ لَكَ مِنَ ٱلْأَمْرِ شَىْءٌ أَوْ يَتُوبَ عَلَيْهِمْ أَوْ يُعَذِّبَهُمْ فَإِنَّهُمْ ظَٰلِمُونَ ﴿١٢٨﴾

129. Imana Allah ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo. Igumiriza akabanga ku vyaha uwo Ishatse ku mpuhwe zayo, maze Ikamubabarira; Igahana uwo Ishatse ku butungane bwayo ata we Irenganije. Burya rero Imana Allah ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَلِلَّهِ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلۡأَرۡضِۚ يَغۡفِرُ لِمَن يَشَآءُ وَيُعَذِّبُ مَن يَشَآءُۚ وَٱللَّهُ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ١٢٩

130. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukarye ku ngurane inyungu izira yiyongereye kuri nya ngurane, n'aho yoba ari nto, nkenswe rero mu gihe igwijwe incuro nyinshi uko ingurane iteba kwishurwa. Nimutinye rero Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo kugira muronke intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَأۡكُلُواْ ٱلرِّبَوٰٓاْ أَضۡعَٰفٗا مُّضَٰعَفَةٗۖ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ لَعَلَّكُمۡ تُفۡلِحُونَ ١٣٠

131. Muheze kandi mwikingire umuriro wagenewe abagarariji;

وَٱتَّقُواْ ٱلنَّارَ ٱلَّتِيٓ أُعِدَّتۡ لِلۡكَٰفِرِينَ ١٣١

132. Maze mwumvire Imana Allah mu kutarya inyungu izira no mu kwubahiriza ayandi mabwirizwa, mwumvire n'Intumwa yayo kugira mugirirwe impuhwe n'Imana Allah.

وَأَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَٱلرَّسُولَ لَعَلَّكُمۡ تُرۡحَمُونَ ١٣٢

133. Bemeramana! Murahurumbira kwumvira Imana yanyu Rurema Allah n'Intumwa yayo, kugira mugumirizwe akabanga ku vyaha vyanyu ntimubihanirwe, muheze muronswe n'Ubwami bw'ijuru, ubwaguke bwabwo bungana n'amajuru n'isi; bwategekanirijwe abagamburukiramana;

۞وَسَارِعُوٓاْ إِلَىٰ مَغۡفِرَةٖ مِّن رَّبِّكُمۡ وَجَنَّةٍ عَرۡضُهَا ٱلسَّمَٰوَٰتُ وَٱلۡأَرۡضُ أُعِدَّتۡ لِلۡمُتَّقِينَ ١٣٣

134. Barya batanga amatungo yabo mu mahirwe no mu marushwa, abatsinda ishavu bakihangana, hamwe rero n'abagirira ikigongwe abandi mu gihe bashoboye kwihora, ubwo ni bwo bugwaneza nya bugwaneza, burya rero Imana Allah Irakunda abagwaneza;

ٱلَّذِينَ يُنفِقُونَ فِي ٱلسَّرَّآءِ وَٱلضَّرَّآءِ وَٱلۡكَٰظِمِينَ ٱلۡغَيۡظَ وَٱلۡعَافِينَ عَنِ ٱلنَّاسِۗ وَٱللَّهُ يُحِبُّ ٱلۡمُحۡسِنِينَ ١٣٤

135. Na barya iyo bagize icaha rutura canke bakirenganya mu gukora ivyaha bitobito, bashoka bibuka isezerano ry'Imana Allah bagaca basaba imbabazi ku vyaha vyabo, bizeye ko ata wubabarira ivyaha atari Yo, ntibanatsimbatara ku vyaha bagize kuko bazi ko baramutse bagarutse ku Mana Allah bakigaya Ibababarira;

وَٱلَّذِينَ إِذَا فَعَلُواْ فَٰحِشَةً أَوۡ ظَلَمُوٓاْ أَنفُسَهُمۡ ذَكَرُواْ ٱللَّهَ فَٱسۡتَغۡفَرُواْ لِذُنُوبِهِمۡ وَمَن يَغۡفِرُ ٱلذُّنُوبَ إِلَّا ٱللَّهُ وَلَمۡ يُصِرُّواْ عَلَىٰ مَا فَعَلُواْ وَهُمۡ يَعۡلَمُونَ ١٣٥

136. Abo ni bo rero, bagenewe n'Imana yabo Rurema Allah indishi yo kugumirizwa akabanga ku vyaha vyabo, hamwe rero n'imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazobubamwo ibihe bidahera. Iyo ni yo ndishi nziza rero ibereye abumviramana.

أُوْلَٰٓئِكَ جَزَآؤُهُم مَّغۡفِرَةٞ مِّن رَّبِّهِمۡ وَجَنَّٰتٞ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَاۚ وَنِعۡمَ أَجۡرُ ٱلۡعَٰمِلِينَ ١٣٦

137. Bemeramana! Aho hambere yanyu, harabaye imigwi y'abantu, abemera muri bo barageragejwe mu kuneshwa igihe bahanganye n'abagarariji, ariko impera n'imperuka bakabatsinda. Kubera ivyo rero, nimugendagende kw'isi mwibuka ivyo, maze mwirabire ivyashikiye abahakanye Imana Allah n'Intumwa zayo[1].

قَدْ خَلَتْ مِن قَبْلِكُمْ سُنَنٌ فَسِيرُواْ فِي ٱلْأَرْضِ فَٱنظُرُواْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلْمُكَذِّبِينَ ﴿١٣٧﴾

138. Iyi Qor'ani, ni impanuro ku bantu bose bashaka kurongoka, ikaba n'uburongozi n'urwibutso ku bagamburukiramana.

هَٰذَا بَيَانٌ لِّلنَّاسِ وَهُدًى وَمَوْعِظَةٌ لِّلْمُتَّقِينَ ﴿١٣٨﴾

139. Bemeramana! Ntimugacike intege mu kurwanya umwansi wanyu, kandi ntimukicwe n'intuntu ku vyabashikiye ku rugamba rwa Uhudi, kanatsinda ni mwebwe benintsinzi nimwaba mwemera Imana Allah n'Intumwa yayo, munubahiriza n'amabwirizwa yayo;

وَلَا تَهِنُواْ وَلَا تَحْزَنُواْ وَأَنتُمُ ٱلْأَعْلَوْنَ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿١٣٩﴾

140. Nihaba muri mwebwe harimwo abakomeretse canke abishwe ku rugamba rwa Uhudi, ni ukuri ni nk'uko nyene, no mu babangikanyamana harimwo abakomeretse n'abishwe. Burya imisi Twebwe Allah Dukurakuranya hagati y'abantu irasa ntingana; haba umusi wo gutsinda hakaba n'umusi wo gutsindwa, kugira Imana Allah Yerekane ku vyo Isanzwe Izi abemera vy'ukuri, Yongere Yiharire abayipfira muri mwebwe. Burya rero Imana Allah ntikunda namba abirenganya mu kureka guharanira idini ryayo;

إِن يَمْسَسْكُمْ قَرْحٌ فَقَدْ مَسَّ ٱلْقَوْمَ قَرْحٌ مِّثْلُهُۥ ۚ وَتِلْكَ ٱلْأَيَّامُ نُدَاوِلُهَا بَيْنَ ٱلنَّاسِ وَلِيَعْلَمَ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَيَتَّخِذَ مِنكُمْ شُهَدَآءَ ۗ وَٱللَّهُ لَا يُحِبُّ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٤٠﴾

141. Ukuneshwa rero ku rugamba rwa Uhudi, kwari ukugira Imana Allah Irobanure abemeye vy'ukuri, Iheze Inagaragaze indyarya muri bo, Yongere kandi Ihonye abagarariji.

وَلِيُمَحِّصَ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَيَمْحَقَ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿١٤١﴾

142. Ngendanyi z'Intumwa! Mbega mwibaza ko mwokwinjira mu Bwami bw'ijuru, mu gihe Imana Allah Itabanje kubagerageza kugira Yerekane ku vyo Isanzwe Izi, ababaharanira idini ryayo vy'ukuri n'abihanganira guhangana n'abansi!

أَمْ حَسِبْتُمْ أَن تَدْخُلُواْ ٱلْجَنَّةَ وَلَمَّا يَعْلَمِ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ جَٰهَدُواْ مِنكُمْ وَيَعْلَمَ ٱلصَّٰبِرِينَ ﴿١٤٢﴾

143. Bemeramana! Urugamba rwa Uhudi rutaraba, mwari mushashaye guhangana n'umwansi, kugira mupfire Imana Allah nk'abavandimwe banyu bayipfiriye ku rugamba rwa Badri, ng'urwo nya rugamba rero rwamaze gushika, nimwihangane mururwane urupfu mururaba n'amaso yanyu.

وَلَقَدْ كُنتُمْ تَمَنَّوْنَ ٱلْمَوْتَ مِن قَبْلِ أَن تَلْقَوْهُ فَقَدْ رَأَيْتُمُوهُ وَأَنتُمْ تَنظُرُونَ ﴿١٤٣﴾

144. Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) si ikindi kiretse ko ari Intumwa nk'izindi zarungitswe aho hambere yiwe. Mbega none mu gihe vyoshika agahwera canke akicwa, mwoca muvavanura n'idini

وَمَا مُحَمَّدٌ إِلَّا رَسُولٌ قَدْ خَلَتْ مِن قَبْلِهِ ٱلرُّسُلُ ۚ أَفَإِيْن مَّاتَ أَوْ قُتِلَ ٱنقَلَبْتُمْ عَلَىٰٓ

[1] Muri iyi Aayah Imana Allah Irahoza abemeramana ku vyabashikiye ku rugamba rwa Uhudi, ko batocika intege kuko impera n'imperuka ni bo benintsinzi.

ryanyu mukarivamwo! Uwuzokwisubirako akarivamwo, nta co azoba yiciye Imana Allah; nayo abazorigumamwo bagashimira Imana Allah ku nema y'ubwislamu, Imana Allah Izoheza Ibibahembere.

أَعۡقَٰبِكُمۡۚ وَمَن يَنقَلِبۡ عَلَىٰ عَقِبَيۡهِ فَلَن يَضُرَّ ٱللَّهَ شَيۡـٔٗاۗ وَسَيَجۡزِي ٱللَّهُ ٱلشَّٰكِرِينَ ١٤٤

145. Nta kiremwa na kimwe gifise ubuzima gishobora gupfa kiretse mu gihe ikiringo cagenewe kubaho giheze, maze kigapfa ku burenganzira bw'Imana Allah, burya Imana Allah Yaramaze kwandika isango ry'urupfu rwaco, ntikizopfa iryo sango ritaragera canke ngo kirisimbe. Uwo wese rero azogira ico akoze arondera ibisharizo vy'ubuzima bwo kw'isi, Tuzobimuha nk'uko Twabigeze; nayo uwuzogira ico akoze arondera indishi zo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Tuzoheza Tuzimuhe hiyongeyeko ibimubeshaho kw'isi mu vyo Twamugeneye. Burya Twebwe Allah Tuzohemba abashima bakatwumvira mu guharanira idini.

وَمَا كَانَ لِنَفۡسٍ أَن تَمُوتَ إِلَّا بِإِذۡنِ ٱللَّهِ كِتَٰبٗا مُّؤَجَّلٗاۗ وَمَن يُرِدۡ ثَوَابَ ٱلدُّنۡيَا نُؤۡتِهِۦ مِنۡهَا وَمَن يُرِدۡ ثَوَابَ ٱلۡأٓخِرَةِ نُؤۡتِهِۦ مِنۡهَاۚ وَسَنَجۡزِي ٱلشَّٰكِرِينَ ١٤٥

146. Hari n'Abavugishwamana benshi b'aho hambere barwaniye Imana Allah bari kumwe n'imigwi y'abigishwa babo, ntibigeze bacika intege ku vyabashikiye bagakomereka canke bakicwa, kandi ntibigeze bananirwa canke ngo bishikane ku mwansi, burya Imana Allah Irakunda abihangana;

وَكَأَيِّن مِّن نَّبِيّٖ قَٰتَلَ مَعَهُۥ رِبِّيُّونَ كَثِيرٞ فَمَا وَهَنُواْ لِمَآ أَصَابَهُمۡ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَمَا ضَعُفُواْ وَمَا ٱسۡتَكَانُواْۗ وَٱللَّهُ يُحِبُّ ٱلصَّٰبِرِينَ ١٤٦

147. Nta n'ico bavuga bari mu bihe bitoroshe kiretse ukwiyambaza Imana Allah bavuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Tubabarire ivyaha vyacu hamwe n'ibicumuro twakoze mw'idini tutabizi, Wongere Utsimbataze ibirenge vyacu ntiduhunge umwansi ku rugamba, Unadushoboze gutsinda abantu b'abagarariji bahakana isengwa ryawe n'ubutumwa bw'Intumwa zawe".

وَمَا كَانَ قَوۡلَهُمۡ إِلَّآ أَن قَالُواْ رَبَّنَا ٱغۡفِرۡ لَنَا ذُنُوبَنَا وَإِسۡرَافَنَا فِيٓ أَمۡرِنَا وَثَبِّتۡ أَقۡدَامَنَا وَٱنصُرۡنَا عَلَى ٱلۡقَوۡمِ ٱلۡكَٰفِرِينَ ١٤٧

148. Ni ho rero Imana Allah Yaha abo bihanganye bakiri kw'isi, indishi yabo yo gutsinda umwansi no gutsimbatara kw'isi, Ikazobaha n'indishi ishemeye y'Ubwami bw'ijuru mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Burya rero Imana Allah Irakunda abagwaneza mu kwitonesha kuri Yo no mu kibano.

فَـَٔاتَىٰهُمُ ٱللَّهُ ثَوَابَ ٱلدُّنۡيَا وَحُسۡنَ ثَوَابِ ٱلۡأٓخِرَةِۗ وَٱللَّهُ يُحِبُّ ٱلۡمُحۡسِنِينَ ١٤٨

149. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwumvira abagararije mu vyo babategeka no mu vyo bababuza, bazobahubisha inzira y'ukuri, maze muvavanure n'idini ryanyu murivemwo, muheze mutahire agahombo no guhona.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِن تُطِيعُواْ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ يَرُدُّوكُمۡ عَلَىٰٓ أَعۡقَٰبِكُمۡ فَتَنقَلِبُواْ خَٰسِرِينَ ١٤٩

150. Kira noneho, ntibazobatabara, ahubwo rero Imana Allah ni Yo Muhagarikizi wanyu Nkinzoyabatoni, ni na Yo Mwiza w'abatabazi bose.

بَلِ ٱللَّهُ مَوۡلَىٰكُمۡۖ وَهُوَ خَيۡرُ ٱلنَّٰصِرِينَ ١٥٠

سَنُلۡقِي فِي قُلُوبِ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ ٱلرُّعۡبَ بِمَآ أَشۡرَكُواْ بِٱللَّهِ مَا لَمۡ يُنَزِّلۡ بِهِۦ سُلۡطَٰنٗاۖ وَمَأۡوَىٰهُمُ ٱلنَّارُۖ وَبِئۡسَ مَثۡوَى ٱلظَّٰلِمِينَ ١٥١

151. Twebwe Allah Tuzotera ubwoba mu mitima y'abagararije bitewe n'ukuntu babangikanije Imana Allah n'ibigirwamana, mu gihe Imana Allah Itigeze Imanura icemezo c'uko bikwiye kubangikanywa na Yo, bazobaho rero kw'isi batekewe n'ubwoba bwo gutinya abemeramana. Ubushikiro bwabo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni mu muriro, ni na ryo cumbi ribi cane ry'abirenganije mu bugarariji.

وَلَقَدۡ صَدَقَكُمُ ٱللَّهُ وَعۡدَهُۥٓ إِذۡ تَحُسُّونَهُم بِإِذۡنِهِۦۖ حَتَّىٰٓ إِذَا فَشِلۡتُمۡ وَتَنَٰزَعۡتُمۡ فِي ٱلۡأَمۡرِ وَعَصَيۡتُم مِّنۢ بَعۡدِ مَآ أَرَىٰكُم مَّا تُحِبُّونَۚ مِنكُم مَّن يُرِيدُ ٱلدُّنۡيَا وَمِنكُم مَّن يُرِيدُ ٱلۡأٓخِرَةَۚ ثُمَّ صَرَفَكُمۡ عَنۡهُمۡ لِيَبۡتَلِيَكُمۡۖ وَلَقَدۡ عَفَا عَنكُمۡۗ وَٱللَّهُ ذُو فَضۡلٍ عَلَى ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ١٥٢

152. Ngendanyi z'Intumwa! Ni ukuri, Imana Allah Yarabashiriye mu ngiro isezerano Yabahaye ry'intsinzi, igihe mwica abagarariji ku rugamba rwa Uhudi ku burenganzira bwayo. Aho rero mucikiye intege mugacanamwo ku vyerekeye iyubahirizwa y'ingingo yuko ingabo zirasa imyampi zoguma mu bibanza vyazo, canke zoja kwegeranya iminyago hamwe n'abandi, gutyo muba murenze kw'itegeko ry'Intumwa yanyu ryo kuguma mu bibanza vyanyu uko vyoba kwose. Ivyo bikaba vyaratumye muneshwa inyuma y'aho Imana Allah Yari Imaze kubereka intsinzi mukunda, aho bikaba vyarabonetse ko muri mwebwe harimwo abashaka iminyago, n'uko harimwo abashaka indishi zo mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Ni ho rero mu nyuma yo kuneshwa, Imana Allah Yabakebanura Ikabakurako umwansi kugira Ibageregeze, ni ukuri Imana Allah Yarumvise ukwigaya kwanyu, Iraheza Irababababarira, burya rero Imana Allah, ni Nyeningabirano ku bemeramana.

۞إِذۡ تُصۡعِدُونَ وَلَا تَلۡوُۥنَ عَلَىٰٓ أَحَدٖ وَٱلرَّسُولُ يَدۡعُوكُمۡ فِيٓ أُخۡرَىٰكُمۡ فَأَثَٰبَكُمۡ غَمَّۢا بِغَمّٖ لِّكَيۡلَا تَحۡزَنُواْ عَلَىٰ مَا فَاتَكُمۡ وَلَا مَآ أَصَابَكُمۡۗ وَٱللَّهُ خَبِيرُۢ بِمَا تَعۡمَلُونَ ١٥٣

153. Ngendanyi z'Intumwa! Nimwibuke n'igihe mwahungira abansi banyu ku musozi ata wukebuka ngo arabe uwundi kubera ubwoba, Intumwa na yo ku rundi ruhande, ibahamagarira kugaruka ku rugamba, ntimwaheza ngo muyitabe, gutyo Imana Allah Ibahanisha agahinda ku kandi, kugira ngo ntimwicwe n'intuntu itewe no kubura intsinzi n'iminyago, no kugira kandi ntimwicwe n'intuntu ku vyabashikiye mu gutekerwa n'ubwoba no kuneshwa. Burya Imana Allah ni Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mukora vyose, kandi Izobibahembera;

ثُمَّ أَنزَلَ عَلَيۡكُم مِّنۢ بَعۡدِ ٱلۡغَمِّ أَمَنَةٗ نُّعَاسٗا يَغۡشَىٰ طَآئِفَةٗ مِّنكُمۡۖ وَطَآئِفَةٞ قَدۡ أَهَمَّتۡهُمۡ أَنفُسُهُمۡ يَظُنُّونَ بِٱللَّهِ غَيۡرَ ٱلۡحَقِّ ظَنَّ ٱلۡجَٰهِلِيَّةِۖ يَقُولُونَ هَل لَّنَا مِنَ ٱلۡأَمۡرِ مِن شَيۡءٖۗ قُلۡ إِنَّ ٱلۡأَمۡرَ كُلَّهُۥ لِلَّهِۗ يُخۡفُونَ فِيٓ أَنفُسِهِم مَّا لَا يُبۡدُونَ لَكَۖ يَقُولُونَ لَوۡ

154. Mu nyuma y'ako gahinda rero, ni ho Imana Allah Yabamanurira ituze n'umwizero w'isezerano ryayo, maze umugwi w'abizeye indishi ku Mana Allah muri mwebwe urahunyiza, mu gihe hari uwundi mugwi wacitse intege, urajwe ishinga no kurokoka ku rugamba, wiyumvira nabi Imana Allah ko Idashoboye gutabara Intumwa yayo, uraheza uricuza mu kuvuga uti: "Mbega hari na kimwe twari dushoboye mu gufata ingingo yo kuja ku rugamba!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Ingingo iyo ari yo yose

ishigwa mu ngiro ku bubasha bw'Imana Allah", bahisha mu mishaha yabo ivyo bataguserurira mu kwicuza kuja ku rugamba, bakavuga ku mutima bati: "Iyo tuza kuba dushoboye guhitamwo, ntitwari kuza gupfira ng'aha ku rugamba". Babwire uti: "Ubuzima butangwa n'Imana Allah. N'iyo muza kuba muri mu miryango yanyu, abandikiwe n'Imana Allah gupfa, bari gusohoka baza gusanga urupfu aho bagenewe gupfira, kugira Imana Allah Igerageze iyumviramana riri mu mitima yanyu, Iheze Itandukanye umwiza yemera vy'ukuri n'umubi arangwa n'uburyarya". Burya rero Imana Allah Irazi neza ibihishijwe mu mishaha.

كَانَ لَنَا مِنَ ٱلۡأَمۡرِ شَيۡءٞ مَّا قُتِلۡنَا هَٰهُنَاۗ قُل لَّوۡ كُنتُمۡ فِي بُيُوتِكُمۡ لَبَرَزَ ٱلَّذِينَ كُتِبَ عَلَيۡهِمُ ٱلۡقَتۡلُ إِلَىٰ مَضَاجِعِهِمۡۖ وَلِيَبۡتَلِيَ ٱللَّهُ مَا فِي صُدُورِكُمۡ وَلِيُمَحِّصَ مَا فِي قُلُوبِكُمۡۗ وَٱللَّهُ عَلِيمُۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ١٥٤

155. Mu vy'ukuri, abahunze muri mwebwe ku rugamba rwa Uhudi, umusi abemeramana bahangana n'ababangikanyamana, ni ukuri shetani yabanyereje muri ico caha bitewe na bimwe mu vyaha bakoze, ni ukuri Imana Allah Yarababababariye ntiyabahana. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenubwitonzi-ntangere.

إِنَّ ٱلَّذِينَ تَوَلَّوۡاْ مِنكُمۡ يَوۡمَ ٱلۡتَقَى ٱلۡجَمۡعَانِ إِنَّمَا ٱسۡتَزَلَّهُمُ ٱلشَّيۡطَٰنُ بِبَعۡضِ مَا كَسَبُواْۖ وَلَقَدۡ عَفَا ٱللَّهُ عَنۡهُمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ حَلِيمٞ ١٥٥

156. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukabe nk'abagararije Imana Allah, iyo benewabo bafashe urugendo rwo kurondera icobabeshaho, maze bagapfa; canke bakicwa mu gihe bajanye n'abarwanira idini ry'Imana Allah, bashoka bavuga bati: "Iyo badafata urugendo canke iyo bataja ku rugamba, bagaheza bakagumana na twe, ntibari gupfa; eka ntibari no kwicwa". Iryo jambo baryatuye ku rurimi, kugira Imana Allah Irigire imvo y'umubabaro n'agahinda mu mitima yabo, mu gihe abemeramana bazi neza ko ibibashikira vyose, biba vyaragezwe n'Imana Allah. Kira noneho rero, Imana Allah Iha ubuzima uwo Yabugeneye n'aho yoba ari ku rugendo canke ku rugamba; Ikabwaka uwashikiwe n'umusi w'urupfu rwiwe, n'aho yoba ari mu muryango wiwe. Burya Imana Allah Irabona neza ivyo mukora vyose, ni Nyenukubona.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَكُونُواْ كَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَقَالُواْ لِإِخۡوَٰنِهِمۡ إِذَا ضَرَبُواْ فِي ٱلۡأَرۡضِ أَوۡ كَانُواْ غُزّٗى لَّوۡ كَانُواْ عِندَنَا مَا مَاتُواْ وَمَا قُتِلُواْ لِيَجۡعَلَ ٱللَّهُ ذَٰلِكَ حَسۡرَةٗ فِي قُلُوبِهِمۡۗ وَٱللَّهُ يُحۡيِۦ وَيُمِيتُۗ وَٱللَّهُ بِمَا تَعۡمَلُونَ بَصِيرٞ ١٥٦

157. N'aho rero mwokwicirwa ku rugamba rwo guharanira idini, canke mugapfa urupfu rusanzwe, ni ukuri muri ico gihe, ico mukwiye kumenya ni uko ukugumirizwa akabanga ku vyaha vyanyu ntimubihanirwe, no kugirirwa impuhwe n'Imana Allah mu kuronswa Ubwami bw'ijuru, ari vyo vyiza cane kuri mwebwe kuruta isi n'ivyo abayihurumbira begeranya.

وَلَئِن قُتِلۡتُمۡ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ أَوۡ مُتُّمۡ لَمَغۡفِرَةٞ مِّنَ ٱللَّهِ وَرَحۡمَةٌ خَيۡرٞ مِّمَّا يَجۡمَعُونَ ١٥٧

158. N'aho mwopfa urupfu rusanzwe canke mukicirwa ku rugamba, ni ukuri ni ku Mana Allah muzokwegeranirizwa, Iheze Ibahembere ibikorwa vyanyu.

وَلَئِن مُّتُّمۡ أَوۡ قُتِلۡتُمۡ لَإِلَى ٱللَّهِ تُحۡشَرُونَ ١٥٨

159. Muvugishwamana! Kubera rero impuhwe z'Imana Allah, urorohera ingendanyi zawe. Iyo uza kuba urangwa n'imico mibi n'ingeso y'agatimatare, zari kuguhunga. Kubera ivyo rero, zigirire ikigongwe ku vyazishikiye ku rugamba rwa Uhudi, wongere uzisabire imbabazi ku Mana Allah, unazihanuze ijambo ku bikeneweko impanuro. Niwamara gufata ingingo mu vyo wazihanuje, uraheza uyishire mu ngiro wishimikije Imana Allah. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irakunda abayishimikiza mu vyo bakora bakayizera.

فَبِمَا رَحْمَةٍ مِّنَ ٱللَّهِ لِنتَ لَهُمْ ۖ وَلَوْ كُنتَ فَظًّا غَلِيظَ ٱلْقَلْبِ لَٱنفَضُّوا۟ مِنْ حَوْلِكَ ۖ فَٱعْفُ عَنْهُمْ وَٱسْتَغْفِرْ لَهُمْ وَشَاوِرْهُمْ فِى ٱلْأَمْرِ ۖ فَإِذَا عَزَمْتَ فَتَوَكَّلْ عَلَى ٱللَّهِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلْمُتَوَكِّلِينَ ﴿١٥٩﴾

160. Imana Allah niyabatabara, nta n'umwe azoshobora kubanesha; niyabakurako amaboko naho, nta n'umwe azoshobora kubatabara havuye Imana Allah! Abemeramana rero nibishimikize Imana Allah mu vyo bakora, bayizere.

إِن يَنصُرْكُمُ ٱللَّهُ فَلَا غَالِبَ لَكُمْ ۖ وَإِن يَخْذُلْكُمْ فَمَن ذَا ٱلَّذِى يَنصُرُكُم مِّنۢ بَعْدِهِۦ ۗ وَعَلَى ٱللَّهِ فَلْيَتَوَكَّلِ ٱلْمُؤْمِنُونَ ﴿١٦٠﴾

161. Ngendanyi z'intumwa! Nta ho vyakabaye ko Umuvugishwamana ahemukira ingendanyi ziwe mu kwiha na kimwe mu minyago, kiretse ico yagenewe n'Imana Allah. Uwo wese rero muri mwebwe yohemuka akiha na kimwe mu minyago, azoza ku musi w'izuka acikoreye ku guteterezwa imbere y'ibiremwa vyose. Hanyuma ikiremwa cose gifise ubuzima kizotunganirizwa ku ndishi y'ivyo carondeye. Abantu rero ntibazonarenganywa mu kurenza urugero rw'ibihano canke mu kugabanywa indishi.

وَمَا كَانَ لِنَبِىٍّ أَن يَغُلَّ ۚ وَمَن يَغْلُلْ يَأْتِ بِمَا غَلَّ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ ۚ ثُمَّ تُوَفَّىٰ كُلُّ نَفْسٍ مَّا كَسَبَتْ وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ ﴿١٦١﴾

162. Burya rero, uwurondera gushimwa n'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, nta ho asa asana n'umuntu adandabagira mu bugaba akwiye ishavu ry'Imana Allah, n'ubushikiro bwiwe bukaba ari mu muriro wa Jahannamu! Ni na bwo bushikiro bubi cane.

أَفَمَنِ ٱتَّبَعَ رِضْوَٰنَ ٱللَّهِ كَمَنۢ بَآءَ بِسَخَطٍ مِّنَ ٱللَّهِ وَمَأْوَىٰهُ جَهَنَّمُ ۖ وَبِئْسَ ٱلْمَصِيرُ ﴿١٦٢﴾

163. Abantu bo mu Bwami bw'ijuru rero, bazoba barutana mu vyubahiro hisunzwe ibikorwa vyabo, nk'uko n'abantu bo mu muriro bazoba barutana mu ngero z'inyenga y'umuriro barimwo, hisunzwe ivyaha vyabo. Burya Imana Allah rero, ni Nyenukubona, Irabona neza ivyo bakora, kandi Izobibahembera.

هُمْ دَرَجَٰتٌ عِندَ ٱللَّهِ ۗ وَٱللَّهُ بَصِيرٌۢ بِمَا يَعْمَلُونَ ﴿١٦٣﴾

164. Ni ukuri, Imana Allah Yarahundagaje inema zayo ku bemeramana, igihe Ibarungikira Intumwa itowe mu Barabu, ibasomera Aayah zayo za Qor'ani, ikanabeza ibangikanyamana n'ingeso mbi zose, ikanabigisha Igitabu ca Qor'ani hamwe rero n'inyigisho n'imigenzo vy'intumwa, n'aho imbere y'irungikwa ry'iyo Ntumwa bari mu buhuvyi bugaragara.

لَقَدْ مَنَّ ٱللَّهُ عَلَى ٱلْمُؤْمِنِينَ إِذْ بَعَثَ فِيهِمْ رَسُولًا مِّنْ أَنفُسِهِمْ يَتْلُوا۟ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتِهِۦ وَيُزَكِّيهِمْ وَيُعَلِّمُهُمُ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحِكْمَةَ وَإِن كَانُوا۟ مِن قَبْلُ لَفِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿١٦٤﴾

165. Bemeramana! Mbega igihe mushikiwe n'ikiza ku rugamba rwa Uhudi, hakicwa igitigiri c'abantu muri mwebwe, kandi na mwe mwarishe mu babangikanyamana ku rugamba rwa Badri igitigiri kingana n'ico kabiri, ni ho mwoca muvuga mwitangaza muti: "Twaneshejwe gute kandi turi abislamu, turi kumwe n'Intumwa y'Imana!". Muvugishwamana! Babwire uti: "Ikiza cabashikiye, caturutse kuri mwebwe nyene, ku kubera ukutubahiriza itegeko ry'Intumwa yanyu mu kuva mu bibanza vyanyu, mukaja kwegeranya iminyago". Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Mushoboravyose;

أَوَلَمَّآ أَصَٰبَتْكُم مُّصِيبَةٌ قَدْ أَصَبْتُم مِّثْلَيْهَا قُلْتُمْ أَنَّىٰ هَٰذَا ۖ قُلْ هُوَ مِنْ عِندِ أَنفُسِكُمْ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿١٦٥﴾

166. Ivyabashikiye rero mugakomeretswa canke mukicwa, umusi hahangana umugwi w'abemeramana n'umugwi w'ababangikanyamana ku rugamba rwa Uhudi, aho abemeramana batsinze mu ntango ariko bakaza gutsindwa mu nyuma, ivyo vyose vyari vyaragezwe ku bushobozi bw'Imana Allah, kugira Imana Allah Yerekane ku vyo Isanzwe Izi, maze Igaragaze abemeramana vy'ukuri muri mwebwe;

وَمَآ أَصَٰبَكُمْ يَوْمَ ٱلْتَقَى ٱلْجَمْعَانِ فَبِإِذْنِ ٱللَّهِ وَلِيَعْلَمَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٦٦﴾

167. Yongere Igaragaze ababaye indyarya igihe babwirwa n'abemeramana bati: "Nimuze twifadikanye mu kurwanira idini ry'Imana Allah nimwaba mwemera vy'ukuri, canke mwikingire mukingire n'ivyanyu hamwe n'abanyu". Bishuye bati: "Iyo tumenya ko muhava muhangana mukarwana, ni ukuri twari kwifadikanya na mwe tukabakurikira". Uwo musi rero, indyarya zari hafi y'ubugarariji gusumba uko zoba ziri hafi y'ukwemera, kuko zavuga n'akanwa kazo ivyo zitemera ku mutima. Burya rero Imana Allah Irazi neza ivyo zihisha mu mishaha yazo.

وَلِيَعْلَمَ ٱلَّذِينَ نَافَقُوا۟ ۖ وَقِيلَ لَهُمْ تَعَالَوْا۟ قَٰتِلُوا۟ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ أَوِ ٱدْفَعُوا۟ ۖ قَالُوا۟ لَوْ نَعْلَمُ قِتَالًا لَّٱتَّبَعْنَٰكُمْ ۗ هُمْ لِلْكُفْرِ يَوْمَئِذٍ أَقْرَبُ مِنْهُمْ لِلْإِيمَٰنِ ۚ يَقُولُونَ بِأَفْوَٰهِهِم مَّا لَيْسَ فِى قُلُوبِهِمْ ۚ وَٱللَّهُ أَعْلَمُ بِمَا يَكْتُمُونَ ﴿١٦٧﴾

168. Indyarya zitagiye ku rugamba rwa Uhudi, zavuze ku bijanye n'abavandimwe bazo mu buryarya bishwe ku rugamba rwa Uhudi, ziti: "Iyo batwumvira ntibaje ku rugamba, ntibari kwicwa". Ntumwa y'Imana! Zibwire uti: "Nimwikingire rero urupfu ntimuzopfe, nimwaba muri imvugakuri ko iyo babumvira batari kwicwa, n'uko na mwe mwarusimbishijwe n'ukutaja ku rugamba!".

ٱلَّذِينَ قَالُوا۟ لِإِخْوَٰنِهِمْ وَقَعَدُوا۟ لَوْ أَطَاعُونَا مَا قُتِلُوا۟ ۗ قُلْ فَٱدْرَءُوا۟ عَنْ أَنفُسِكُمُ ٱلْمَوْتَ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿١٦٨﴾

169. Muvugishwamana! Ntiwiyumvire na gato ko abiciwe ku rugamba rwo guharanira idini ry'Imana Allah bahwereye, ahubwo ni bazima mu buzima bw'inyuma yo gupfa, baronswa ibibabeshaho bivuye mu Bwami bw'ijuru ku Mana yabo Rurema Allah;

وَلَا تَحْسَبَنَّ ٱلَّذِينَ قُتِلُوا۟ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ أَمْوَٰتًۢا ۚ بَلْ أَحْيَآءٌ عِندَ رَبِّهِمْ يُرْزَقُونَ ﴿١٦٩﴾

170. Akamwemwe kadasanzwe gatewe n'ivyiza biteye igomwe bahawe n'Imana Allah karabasya. Bafise n'akamwemwe gatewe n'agakuru keza ku bo basize inyuma bakiri bazima, bazopfira Imana Allah, ko ata bwoba bogira ku buzima bimirije inyuma yo gupfa, n'uko bobo batazokwicwa n'intuntu ku vyo basize kw'isi;

فَرِحِينَ بِمَآ ءَاتَىٰهُمُ ٱللَّهُ مِن فَضۡلِهِۦ وَيَسۡتَبۡشِرُونَ بِٱلَّذِينَ لَمۡ يَلۡحَقُواْ بِهِم مِّنۡ خَلۡفِهِمۡ أَلَّا خَوۡفٌ عَلَيۡهِمۡ وَلَا هُمۡ يَحۡزَنُونَ ١٧٠

171. N'uko banezerejwe n'inema hamwe n'izindi ngabirano zivuye ku Mana Allah, n'uko Imana Allah Itigera Itakaza indishi y'abemeramana.

۞يَسۡتَبۡشِرُونَ بِنِعۡمَةٖ مِّنَ ٱللَّهِ وَفَضۡلٖ وَأَنَّ ٱللَّهَ لَا يُضِيعُ أَجۡرَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ١٧١

172. Abitavye akamo batewe n'Imana Allah n'Intumwa yayo inyuma y'aho urugamba rwa Uhudi rurangiriye, maze bakaja gukurikirana ababangikanyamana ahitwa "Hamraa-a l-Asad", mu gihe bagifise inguma n'agahinda ko kuneshwa, abagwaneza n'abagamburukiramana muri bo rero, bazoronka impano zihambaye kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru;

ٱلَّذِينَ ٱسۡتَجَابُواْ لِلَّهِ وَٱلرَّسُولِ مِنۢ بَعۡدِ مَآ أَصَابَهُمُ ٱلۡقَرۡحُۚ لِلَّذِينَ أَحۡسَنُواْ مِنۡهُمۡ وَٱتَّقَوۡاْ أَجۡرٌ عَظِيمٌ ١٧٢

173. Ababwiwe na bamwe mu babangikanyamana ku mvo zo kubatera ubwoba, bati: "Mu vy'ukuri, Abu Sufiyaani n'abo bari kumwe bamaze kwiyegeranya, bitegurira kubahohosha mutarasubira kwiyungunganya, muragabe rero mubiyubare ntimuje guhangana na bo kuko mudashobora kubanesha!". Iryo terabwoba rero ha kubaca intege, ryabongerereje ukwemera n'ukwizera intsinzi iturutse ku Mana Allah, gutyo barabandanya gushika aho bagenewe, baraheza bavuga bati: "Imana Allah Irakwiye kuba ari Yo Idukingira, ni na Yo Muhagarikizi-Rutunga Iduhagarikiye",

ٱلَّذِينَ قَالَ لَهُمُ ٱلنَّاسُ إِنَّ ٱلنَّاسَ قَدۡ جَمَعُواْ لَكُمۡ فَٱخۡشَوۡهُمۡ فَزَادَهُمۡ إِيمَٰنٗا وَقَالُواْ حَسۡبُنَا ٱللَّهُ وَنِعۡمَ ٱلۡوَكِيلُ ١٧٣

174. Ni ho rero abemeramana bagaruka i Madina bavuye aho hitwa "Hamraa-a l-Asad", bari mu nema y'umutekano n'ingabirano bivuye ku Mana Allah, ata n'umwe muri bo yabangamiwe ngo akomeretswe canke ngo yicwe, kuko umwansi yapfuye coba ntiyaseruka ku rugamba, gutyo bakurikira ishimwa ry'Imana Allah mu kuyumvira, Yo hamwe n'Intumwa yayo. Burya kandi rero Imana Allah ni Nyenimpano nyinshi zihambaye ku biremwa.

فَٱنقَلَبُواْ بِنِعۡمَةٖ مِّنَ ٱللَّهِ وَفَضۡلٖ لَّمۡ يَمۡسَسۡهُمۡ سُوٓءٞ وَٱتَّبَعُواْ رِضۡوَٰنَ ٱللَّهِۗ وَٱللَّهُ ذُو فَضۡلٍ عَظِيمٍ ١٧٤

175. Uwo yaje kubatera ubwoba, ni shetani itera ubwoba abemeramana bwo kudahangana n'abatabazi bayo mu babangikanyamana. Kubera ivyo rero, ntimukabatinye na gato, nta co bashoboye kubagira. Muraheza rero nyabuna muntinye Jewe Allah mu kunyumvira nimwaba munyemera mukanemera n'Intumwa yanje.

إِنَّمَا ذَٰلِكُمُ ٱلشَّيۡطَٰنُ يُخَوِّفُ أَوۡلِيَآءَهُۥ فَلَا تَخَافُوهُمۡ وَخَافُونِ إِن كُنتُم مُّؤۡمِنِينَ ١٧٥

176. Ntumwa y'Imana! Ntugaterwe intuntu n'abihutira kugarariza, mu vy'ukuri, nta co bazokwicira Imana Allah, ahubwo ni bo bazokwiyicira vyinshi, Imana Allah Ishaka

وَلَا يَحۡزُنكَ ٱلَّذِينَ يُسَٰرِعُونَ فِي ٱلۡكُفۡرِۚ إِنَّهُمۡ لَن يَضُرُّواْ ٱللَّهَ شَيۡـٔٗاۗ يُرِيدُ ٱللَّهُ أَلَّا

kutazobaha indishi mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Baranategekanirijwe ibihano bihambaye.

يَجۡعَلَ لَهُمۡ حَظًّا فِي ٱلۡأٓخِرَةِۖ وَلَهُمۡ عَذَابٌ عَظِيمٌ ١٧٧

177. Mu vy'ukuri, abiguze ubugarariji ha kwemera, nta na kimwe bazokwicira Imana Allah. Baranategekanirijwe ibihano bibabaza.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ٱشۡتَرَوُاْ ٱلۡكُفۡرَ بِٱلۡإِيمَٰنِ لَن يَضُرُّواْ ٱللَّهَ شَيۡـٔٗاۖ وَلَهُمۡ عَذَابٌ أَلِيمٞ ١٧٨

178. Abagararije mu guhakana bivuye inyuma, iyo Tubahaye kuramba, Tukabaha n'ibisayangana kw'isi, ntitwihutire kubahanira ivyaha vyabo, ntibakibwire ko Tuba Tubahaye ivyiza; ni ukuri, Dutenyenya kubahana kugira barendegere mu bukozi bw'ikibi n'akarenganyo. Baranategekanirijwe ibihano bisuzuguza.

وَلَا يَحۡسَبَنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓاْ أَنَّمَا نُمۡلِي لَهُمۡ خَيۡرٞ لِّأَنفُسِهِمۡۚ إِنَّمَا نُمۡلِي لَهُمۡ لِيَزۡدَادُوٓاْ إِثۡمٗاۚ وَلَهُمۡ عَذَابٞ مُّهِينٞ ١٧٩

179. Imana Allah ntiyari kureka abemeramana koko ngo babandanye babana n'indyarya, Itabanje kubatandukanya mu kugaragaza umubi arangwa n'uburyarya, n'umwiza arangwa n'ukwemera koko, gutyo hakamenyekana uwemera Imana Allah, hakanamenyekana n'indyarya muri mwebwe. Ntivyari no mu ntumbero y'Imana Allah kubahishurira ibinyegejwe ibiremwa kugira mwibonere indyarya muyimenye, ahubwo Imana Allah Igaragaza uwemera n'indyarya mw'igeragezwa ku bibashikira. Ariko Imana Allah, Ihitamwo uwo Ishatse mu Ntumwa zayo, Ikamuhishurira bimwe mu binyegejwe ibiremwa, maze nya Ntumwa igaheza igatandukanya uwemera n'indyarya. Kubera ivyo rero, nimushishikare mwemera Imana Allah n'Intumwa yayo. Nimwaramuka mwemeye vy'ukuri mukanagamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, muzoheza muronke impembo zihambaye.

مَّا كَانَ ٱللَّهُ لِيَذَرَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ عَلَىٰ مَآ أَنتُمۡ عَلَيۡهِ حَتَّىٰ يَمِيزَ ٱلۡخَبِيثَ مِنَ ٱلطَّيِّبِۗ وَمَا كَانَ ٱللَّهُ لِيُطۡلِعَكُمۡ عَلَى ٱلۡغَيۡبِ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ يَجۡتَبِي مِن رُّسُلِهِۦ مَن يَشَآءُۖ فَـَٔامِنُواْ بِٱللَّهِ وَرُسُلِهِۦۚ وَإِن تُؤۡمِنُواْ وَتَتَّقُواْ فَلَكُمۡ أَجۡرٌ عَظِيمٞ ١٧٩

180. Ingumyi zidatanga mu mpano Imana Allah Yazihaye, ntizikiyumvire ko ukwo kudatanga ari yo neza kuri zo, ahubwo ni inabi kuri zo. Amatungo zegeranije zikareka kuyatanga, zizoyambikwa mw'izosi yahindutse umuriro ku musi w'izuka. Burya rero Imana Allah ni Yo Mwami w'abami Ikaba na Samuragwa w'amajuru n'isi n'ibiri muri vyo igihe ibiremwa vyose bizoba vyahonye. Kandi ivyo mukora vyose rero Irabizi, ni Muhetuziwavyose, Izobibahembera.

وَلَا يَحۡسَبَنَّ ٱلَّذِينَ يَبۡخَلُونَ بِمَآ ءَاتَىٰهُمُ ٱللَّهُ مِن فَضۡلِهِۦ هُوَ خَيۡرٗا لَّهُمۖ بَلۡ هُوَ شَرّٞ لَّهُمۡۖ سَيُطَوَّقُونَ مَا بَخِلُواْ بِهِۦ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِۗ وَلِلَّهِ مِيرَٰثُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۗ وَٱللَّهُ بِمَا تَعۡمَلُونَ خَبِيرٞ ١٨٠

181. Ni ukuri Imana Allah Yaramaze kwumva ijambo ry'abayahudi bavuze bati: "Mu vy'ukuri Imana Allah Irakenye, ni na co gituma Idusaba kuyigurana, ni twebwe rero dutunze". Twebwe Allah Tuzokwandika iryo jambo bavuze, Twandike n'iyicwa ry'Abavugishwamana bishe ku karenganyo. Tuzonabibahanira Dushoke Tubabwira bari

لَّقَدۡ سَمِعَ ٱللَّهُ قَوۡلَ ٱلَّذِينَ قَالُوٓاْ إِنَّ ٱللَّهَ فَقِيرٞ وَنَحۡنُ أَغۡنِيَآءُۘ سَنَكۡتُبُ مَا قَالُواْ وَقَتۡلَهُمُ ٱلۡأَنۢبِيَآءَ بِغَيۡرِ حَقّٖ وَنَقُولُ ذُوقُواْ عَذَابَ ٱلۡحَرِيقِ ١٨١

mu muriro Duti: “Nimuhonje rero ibihano vy’umuriro ururumba, uturira;

ذَٰلِكَ بِمَا قَدَّمَتْ أَيْدِيكُمْ وَأَنَّ ٱللَّهَ لَيْسَ بِظَلَّٰمٍ لِّلْعَبِيدِ ﴿١٨٢﴾

182. Ivyo bihano rero vyabashikiye, vyatewe n’ibicumuro mwakoze kw'isi mu mvugo n’ingiro no mu kwemera ibintazi; n’uko Imana Allah Itigera Irenganya n’umwe mu biremwa, mu kugabanywa ku vyiza canke mu kurengerezwa ku vyaha, n’aho koba akantu kangana n’inzatsa Izokamuhembera".

ٱلَّذِينَ قَالُوٓاْ إِنَّ ٱللَّهَ عَهِدَ إِلَيْنَآ أَلَّا نُؤْمِنَ لِرَسُولٍ حَتَّىٰ يَأْتِيَنَا بِقُرْبَانٍ تَأْكُلُهُ ٱلنَّارُ ۗ قُلْ قَدْ جَآءَكُمْ رُسُلٌ مِّن قَبْلِى بِٱلْبَيِّنَٰتِ وَبِٱلَّذِى قُلْتُمْ فَلِمَ قَتَلْتُمُوهُمْ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿١٨٣﴾

183. Abo bayahudi igihe bahamagarirwa kuba abislamu, bavuze bati: “Imana Allah Yaduhaye isezerano muri Tawurati ry’uko tutemera uwuzoza avuga ko ari Intumwa, gushika atuzaniye imperezwa yo kwiyegereza Imana Allah, hashoke haza umuriro uturutse mw’ijuru, maze uturire nya mperezwa”. Ntumwa y’Imana! Babwire uti: “Mwanguha! Ntaco mwigovyora, kuko mwarungikiwe Intumwa aho hambere yanje ziza zifise ivyemezo n’ibitangaro vyemeza ko ari Intumwa vy’ukuri, zifise na nya mperezwa yaturiwe n’umuriro nk’uko mwabivuze, none ni kuki ba so bazishe nimwaba muri imvugakuri ku biri muri Tawurati!”.

فَإِن كَذَّبُوكَ فَقَدْ كُذِّبَ رُسُلٌ مِّن قَبْلِكَ جَآءُو بِٱلْبَيِّنَٰتِ وَٱلزُّبُرِ وَٱلْكِتَٰبِ ٱلْمُنِيرِ ﴿١٨٤﴾

184. Nibaramuka baguhakanye bakakugarariza bivuye inyuma, si wewe rero uzoba ubaye uwa mbere, ni ukuri aho hambere yawe haragararijwe Intumwa nyinshi, zaje zifise ibitangaro n’ivyemezo bigaragara, zibangikanije n’Imizingo irimwo inyigisho hamwe n’Ibitabu bitomora inzira y’ukuri.

كُلُّ نَفْسٍ ذَآئِقَةُ ٱلْمَوْتِ ۗ وَإِنَّمَا تُوَفَّوْنَ أُجُورَكُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ ۖ فَمَن زُحْزِحَ عَنِ ٱلنَّارِ وَأُدْخِلَ ٱلْجَنَّةَ فَقَدْ فَازَ ۗ وَمَا ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَآ إِلَّا مَتَٰعُ ٱلْغُرُورِ ﴿١٨٥﴾

185. Zina kiremwa ico ari co cose gifise ubuzima gitegerezwa gupfa, gutyo ibiremwa vyose bisubire ku Wabiremye Allah, Aheze Abiharurire. Ni ukuri, muzotunganirizwa indishi zanyu ku vyo mwakoze zitagabanijweko na gato ku musi w’izuka. Uwo wese rero azoterwa iteka akigizwa kure y’umuriro, akinjizwa mu Bwami bw’ijuru, azoba aronse intsinzi nya ntsinzi. Burya ubuzima bwo kw’isi, si ikindi kiretse ko ari ibihendamaso vyo kuryoherwa gato, ntibukababahende rero.

لَتُبْلَوُنَّ فِىٓ أَمْوَٰلِكُمْ وَأَنفُسِكُمْ وَلَتَسْمَعُنَّ مِنَ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلْكِتَٰبَ مِن قَبْلِكُمْ وَمِنَ ٱلَّذِينَ أَشْرَكُوٓاْ أَذًى كَثِيرًا ۚ وَإِن تَصْبِرُواْ وَتَتَّقُواْ فَإِنَّ ذَٰلِكَ مِنْ عَزْمِ ٱلْأُمُورِ ﴿١٨٦﴾

186. Bemeramana! Ni ukuri mutegerezwa kugeragezwa mu gutanga ishikanwa-bwirizwa n’imperezwa; mu gushikirwa n’intureka mu matungo yanyu; mu gukomeretswa no mu kwicwa, canke kubura abanyu mukunda, gushika muboneke ko mwemera vy’ukuri; ni ukuri muzokwumva n’amajambo yo gutyoza idini ryanyu abababaza kenshi, avugwa n’abayahudi, abanaswara n’ababangikanyamana. Bemeramana! Nimwihanganira rero ibangamira ryabo, mukanatinya Imana Allah mu

kwubahiriza amabwirizwa yayo, ni ukuri muramenya ko ivyo biri mu bintu bihambaye bikwiye gufatwako ingingo.

وَإِذْ أَخَذَ ٱللَّهُ مِيثَٰقَ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلْكِتَٰبَ لَتُبَيِّنُنَّهُۥ لِلنَّاسِ وَلَا تَكْتُمُونَهُۥ فَنَبَذُوهُ وَرَآءَ ظُهُورِهِمْ وَٱشْتَرَوْاْ بِهِۦ ثَمَنًا قَلِيلًا ۖ فَبِئْسَ مَا يَشْتَرُونَ ﴿١٨٧﴾

187. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Imana Allah Yaha isezerano abahawe Igitabu Iti: "Mutegerezwa gushira mu ngiro amabwirizwa yacu ari muri Tawurati no mu Njili mwongere munayigishe abantu, kandi ntimuzohirahire ngo muyanyegeze", baraheza bata nya sezerano inyuma y'umugongo ntibaryubahiriza, bariguza ibintu vy'igiciro gito cane mu bihendamaso vy'isi, kugira banyegeze canke bahindagure ukuri kuri muri nya Gitabu, iryo rero ni ryo guza ribi cane.

لَا تَحْسَبَنَّ ٱلَّذِينَ يَفْرَحُونَ بِمَآ أَتَواْ وَّيُحِبُّونَ أَن يُحْمَدُواْ بِمَا لَمْ يَفْعَلُواْ فَلَا تَحْسَبَنَّهُم بِمَفَازَةٍ مِّنَ ٱلْعَذَابِ ۖ وَلَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿١٨٨﴾

188. Ntiwiyumvire ko abanezerezwa n'ibibi bakora bagakunda no gushimwa n'abantu ku vyo batakoze, bazokira ibihano vy'Imana Allah kw'isi. Baranategekanirijwe ibihano bibabaza cane mu buzima bw'inyuma yo gupfa[1].

وَلِلَّهِ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۗ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿١٨٩﴾

189. Imana Allah ni Yo Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo, burya Imana Allah ni na Yo Mushoboravyose.

إِنَّ فِى خَلْقِ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَٱخْتِلَٰفِ ٱلَّيْلِ وَٱلنَّهَارِ لَءَايَٰتٍ لِّأُوْلِى ٱلْأَلْبَٰبِ ﴿١٩٠﴾

190. Mu vy'ukuri, mw'iremwa ry'amajuru mu kuntu ahanitse, n'isi mu kuntu ishigikiwe n'imisozi, ikagira utubande n'amababahari, no mw'ibisikanya n'ikurakuranwa ry'ijoro n'umurango ku buryo ijoro hari igihe riba rirerire, ikindi gihe umurango ukaba muremure, ni ukuri harimwo ivyemezo ku bantu b'incabwenge koko,

ٱلَّذِينَ يَذْكُرُونَ ٱللَّهَ قِيَٰمًا وَقُعُودًا وَعَلَىٰ جُنُوبِهِمْ وَيَتَفَكَّرُونَ فِى خَلْقِ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ رَبَّنَا مَا خَلَقْتَ هَٰذَا بَٰطِلًا سُبْحَٰنَكَ فَقِنَا عَذَابَ ٱلنَّارِ ﴿١٩١﴾

191. Barya baninahaza bagatazira Imana Allah bahagaze, bicaye canke baryamiye urubavu, bakanaguma biyumvira ubushobozi bw'Imana Allah mu kurema amajuru indwi n'isi, bagaheza bakavuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Ntiwaremeye ubusa ibi vyose! Ininahazwa ni iryawe Mana, turagusavye rero Udukingire ibihano vy'umuriro udahera;

رَبَّنَآ إِنَّكَ مَن تُدْخِلِ ٱلنَّارَ فَقَدْ أَخْزَيْتَهُۥ ۖ وَمَا لِلظَّٰلِمِينَ مِنْ أَنصَارٍ ﴿١٩٢﴾

192. Mana yacu Rurema Allah! Wewe mu vy'ukuri, uwo Uzoshira mu muriro udahera, Uzoba Wamutetereje, kanatsinda kuri uwo musi abirenganije mu kukubangikanya ntibazoronka ababatabara mu kubakingira ibihano vyawe;

رَّبَّنَآ إِنَّنَا سَمِعْنَا مُنَادِيًا يُنَادِى لِلْإِيمَٰنِ أَنْ ءَامِنُواْ بِرَبِّكُمْ فَـَٔامَنَّا ۚ رَبَّنَا فَٱغْفِرْ لَنَا

193. Mana yacu Rurema! Twebwe mu vy'ukuri twarumvise Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) irarikira abantu ku kwemera, ivuga iti: "Nyabuna nimwemere Imana yanyu Rurema Allah, mwubahirize n'amabwirizwa yayo", duca turayemera.

[1] Iyi Aayah irihaniza igatega imisi umuntu wese anezerezwa n'ikibi yakoze, akunda kwigamba ku vyo atakoze ashaka gushimwa n'abantu.

Mana yacu Rurema! Turagusavye rero, Utugumirize akabanga ku vyaha vyacu ntubiduhanire, Wongere Utubabarire n'ibicumuro vyacu, nihagera ko duhwera naho, Uraheza Udushire mu beranda;

ذُنُوبَنَا وَكَفِّرْ عَنَّا سَيِّـَٔاتِنَا وَتَوَفَّنَا مَعَ ٱلْأَبْرَارِ ﴿١٩٣﴾

194. Mana yacu Rurema Allah! Duhe intsinzi, ugutsimbatara no gutumbera inzira yawe Wadusezeraniye ku Ntumwa zawe. Ntuzotumaramaze ku musi w'izuka mu gushira ivyaha vyacu ku mugaragaro. Mu vy'ukuri, Wewe nturenga kw'isezerano Wahaye ibiremwa".

رَبَّنَا وَءَاتِنَا مَا وَعَدتَّنَا عَلَىٰ رُسُلِكَ وَلَا تُخْزِنَا يَوْمَ ٱلْقِيَـٰمَةِ ۗ إِنَّكَ لَا تُخْلِفُ ٱلْمِيعَادَ ﴿١٩٤﴾

195. Gutyo Imana yabo Rurema Allah Iraheza Irabakirira igisabisho Iti: "Jewe mu vy'ukuri, sintakaza indishi y'uwakoze igikorwa ciza muri mwebwe, yaba umuhungu canke umukobwa, mwese murangana mu kwemera, mu kwakirirwa ibikorwa no mu kubihemberwa indishi. Kubera ivyo rero, abimutse izabo barondera gushimwa n'Imana Allah, n'abasohowe mu zabo bakageramirwa bahorwa kumparanira no kunsenga, bakaja no ku rugamba ku guharanira idini ryanje, bakicwa, ni ukuri Jewe Allah Nzobagumiriza akabanga ku vyaha vyabo ku musi w'izuka, maze sindabibahanire, kandi ni ukuri Nzoheza Ndabinjize mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi", iyo ni yo ndishi ibereye ivuye ku Mana Allah. Burya ku Mana Allah, ni ho hari indishi nziza zishemeye.

فَٱسْتَجَابَ لَهُمْ رَبُّهُمْ أَنِّى لَآ أُضِيعُ عَمَلَ عَـٰمِلٍ مِّنكُم مِّن ذَكَرٍ أَوْ أُنثَىٰ ۖ بَعْضُكُم مِّنۢ بَعْضٍ ۖ فَٱلَّذِينَ هَاجَرُوا۟ وَأُخْرِجُوا۟ مِن دِيَـٰرِهِمْ وَأُوذُوا۟ فِى سَبِيلِى وَقَـٰتَلُوا۟ وَقُتِلُوا۟ لَأُكَفِّرَنَّ عَنْهُمْ سَيِّـَٔاتِهِمْ وَلَأُدْخِلَنَّهُمْ جَنَّـٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَـٰرُ ثَوَابًا مِّنْ عِندِ ٱللَّهِ ۗ وَٱللَّهُ عِندَهُۥ حُسْنُ ٱلثَّوَابِ ﴿١٩٥﴾

196. Ntumwa y'Imana! Ntugahendwe n'ukuntu abagararije babayeho borohewe mu buzima bwo kw'isi, bishira bakizana aha na hariya mu rudandazwa, bitebe bitebuke bazohemberwa ivyo bakora;

لَا يَغُرَّنَّكَ تَقَلُّبُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ فِى ٱلْبِلَـٰدِ ﴿١٩٦﴾

197. Ivyo, ni ibihendamaso vyo kuryoherwa umwanya muto, hanyuma ubushikiro bwabo ku musi w'izuka ni mu muriro wa Jahannamu, ni na bwo busaswa bubi cane.

مَتَـٰعٌ قَلِيلٌ ثُمَّ مَأْوَىٰهُمْ جَهَنَّمُ ۚ وَبِئْسَ ٱلْمِهَادُ ﴿١٩٧﴾

198. Ariko abatinye Imana yabo Rurema Allah, bakanayigamburukira mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, barategekanirijwe imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazobamwo ibihe bidahera, ni ryo cumbi ryabo bategekanirijwe n'Imana Allah. Burya rero, ibiri ku Mana Allah mu ngabirano zihambaye, ni vyo vyiza cane ku bagamburukiramana kuruta ukuntu abagarariji babayeho borohewe kw'isi.

لَـٰكِنِ ٱلَّذِينَ ٱتَّقَوْا۟ رَبَّهُمْ لَهُمْ جَنَّـٰتٌ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَـٰرُ خَـٰلِدِينَ فِيهَا نُزُلًا مِّنْ عِندِ ٱللَّهِ ۗ وَمَا عِندَ ٱللَّهِ خَيْرٌ لِّلْأَبْرَارِ ﴿١٩٨﴾

199. Bemeramana! Mu vy'ukuri bamwe mu bahawe Igitabu, ni ukuri baremera Imana Imwe Rudende Allah, bakemera na Qor'ani mwamanuriwe, hamwe na Tawurati

وَإِنَّ مِنْ أَهْلِ ٱلْكِتَـٰبِ لَمَن يُؤْمِنُ بِٱللَّهِ وَمَآ أُنزِلَ إِلَيْكُمْ وَمَآ أُنزِلَ إِلَيْهِمْ

خَٰشِعِينَ لِلَّهِ لَا يَشۡتَرُونَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ ثَمَنٗا قَلِيلًاۚ أُوْلَٰٓئِكَ لَهُمۡ أَجۡرُهُمۡ عِندَ رَبِّهِمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ سَرِيعُ ٱلۡحِسَابِ ١٩٩

n'Injili bamanuriwe, bakicisha bugufi mu kwumvira Imana Allah, ntibanafata Aayah z'Imana Allah ngo baziguze ibintu vy'igiciro gito cane mu bihendamaso vy'isi, kugira ngo banyegeze canke bahindagure ukuri bazi. Abo, ni bo rero bategekanirijwe ku Mana yabo Rurema Allah, indishi yabo ikwiye. Mu vy'ukuri, Imana Allah Iranyarutsa mu guharurira no mu guhemba ibiremwa.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱصۡبِرُواْ وَصَابِرُواْ وَرَابِطُواْ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ لَعَلَّكُمۡ تُفۡلِحُونَ ٢٠٠

200. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwihanganire kwama mwumvira Imana Allah, mwihanganire n'ibibashikira, maze mutsindishe abansi banyu ukwihangana ku rugamba, muheze mugume ku birindiro vy'urugamba, munatinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, kugira muronke intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

4. An-Nisaa-i (Abakenyezi)
Aayah 176, Madina

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ ٱتَّقُواْ رَبَّكُمُ ٱلَّذِي خَلَقَكُم مِّن نَّفۡسٖ وَٰحِدَةٖ وَخَلَقَ مِنۡهَا زَوۡجَهَا وَبَثَّ مِنۡهُمَا رِجَالٗا كَثِيرٗا وَنِسَآءٗۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ ٱلَّذِي تَسَآءَلُونَ بِهِۦ وَٱلۡأَرۡحَامَۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلَيۡكُمۡ رَقِيبٗا ١

1. Emwe bantu! Nimutinye Imana yanyu Rurema Allah mu kwubahiriza amabwiriza yayo, kuko ari Yo Yabaremye Ibakomoye ku muntu umwe ari we Adamu, Iraheza Imuremamwo umukenyezi wiwe Hawa, Inakwiragiza mu mihingo yose yo kw'isi uruvyaro rubakomotseko; abahungu n'abakobwa benshi. Nimutinye rero Imana Allah, Yo musabana hagati yanyu kw'Izina ryayo, mwongere mwiyubare guca ubuvandimwe buri hagati yanyu. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Mureretsiwavyose, Ibashinze ijisho ku vyo mukora vyose;

وَءَاتُواْ ٱلۡيَتَٰمَىٰٓ أَمۡوَٰلَهُمۡۖ وَلَا تَتَبَدَّلُواْ ٱلۡخَبِيثَ بِٱلطَّيِّبِۖ وَلَا تَأۡكُلُوٓاْ أَمۡوَٰلَهُمۡ إِلَىٰٓ أَمۡوَٰلِكُمۡۚ إِنَّهُۥ كَانَ حُوبٗا كَبِيرٗا ٢

2. Impfuvyi musanzwe muhagarariye nizagera mu bigero, muraheza muzihe amatungo yazo, mu gihe mumaze kubona ko zishoboye kuyabungabunga; kandi ntimuzokwikike mu kiza mu kwihagira ivyiza muri nya matungo, ngo mubisubirize ibibi mukuye mu matungo yanyu. Ntimuzonavange amatungo yazo hamwe n'amatungo yanyu mu ntumbero yo gushaka kwigarurira (mu kurya) amatungo yazo. Mu vy'ukuri uwubahutse gukora ivyo, aba akoze icaha rutura.

وَإِنۡ خِفۡتُمۡ أَلَّا تُقۡسِطُواْ فِي ٱلۡيَتَٰمَىٰ فَٱنكِحُواْ مَا طَابَ لَكُم مِّنَ ٱلنِّسَآءِ مَثۡنَىٰ وَثُلَٰثَ وَرُبَٰعَۖ فَإِنۡ خِفۡتُمۡ أَلَّا تَعۡدِلُواْ

3. Nimwagira impungenge zo gutunganiriza impfuvyikazi musanzwe muhagarikiye mu kutaziha inkwano zazo zikwiye, murabira abo mugomwe mu bandi bakenyezi; babiribabiri, batatubatatu canke banebane. Nimwatinya naho ko mutobatunganiriza, muraheza mwabire

umukenyezi umwe gusa canke mwikore ku ncoreke musanzwe mugaba. Ukwubahiriza izo ngingo zerekeye gutunganiriza impfuvyi no kwabira, ni kwo gutuma mutorenganya;

فَوَٰحِدَةً أَوۡ مَا مَلَكَتۡ أَيۡمَٰنُكُمۡۚ ذَٰلِكَ أَدۡنَىٰٓ أَلَّا تَعُولُواْ ٣

4. Bagabo mwipfuza kwubaka izanyu! Murahereza abakenyezi inkwano zabo zitegetswe ata gahigihigi. Nibashimishwa n'ukubaha kuri nya nkwano ata gahato kagiyemwo, murakirana umutima ushima ico bababereje, mugifungurane akayabagu.

وَءَاتُواْ ٱلنِّسَآءَ صَدُقَٰتِهِنَّ نِحۡلَةٗۚ فَإِن طِبۡنَ لَكُمۡ عَن شَيۡءٖ مِّنۡهُ نَفۡسٗا فَكُلُوهُ هَنِيٓـٔٗا مَّرِيٓـٔٗا ٤

5. Ntimugahe amatungo musanzwe muhagarikiye abayasesagura bitewe n'uko bakiri bato canke batazi ikoreshwa ribereye ry'amatungo, ayo matungo ni yo Imana Allah Yagize ishingiro ry'ubuzima bw'abantu, muraheza rero mubaheko ibibabeshaho munabambike, mwongere mubayagishe neza.

وَلَا تُؤۡتُواْ ٱلسُّفَهَآءَ أَمۡوَٰلَكُمُ ٱلَّتِي جَعَلَ ٱللَّهُ لَكُمۡ قِيَٰمٗا وَٱرۡزُقُوهُمۡ فِيهَا وَٱكۡسُوهُمۡ وَقُولُواْ لَهُمۡ قَوۡلٗا مَّعۡرُوفٗا ٥

6. Murageza ubushobozi bw'impfuvyi muhagarariye zitaragera mu bigero, ko zishoboye gukoresha neza amatungo. Zimaze kugera mu bigero rero, mukamenya kandi ko zishoboye gukoresha neza amatungo yazo, mukanabona ko zigengwa n'ingeso nziza, zinashoboye kubungabunga amatungo yazo, muraheza muzishikirize nya matungo. Ntimuzorengere kuri nya matungo, ngo mushoke muyasesagura mu kuyafungura, nya mpfuvyi zitarakura. Uwuzozihagarikira asanzwe atunze, arabumbwa n'ivyo atunze, ntakomakome na kimwe mu matungo yazo. Uwuzoba na we akenye, arihako ibimubeshaho ku rugero rw'ibimukwiye ata gusesagura. Nivyashika ko muzishikiriza amatungo yazo zimaze kugera mu bigero, zikaba zinashoboye kuyabungabunga, muraheza musabe abababera ivyabona ko mushikirije amatungo yose akwiye. Burya Imana Allah Irakwiye kuba ari Yo Mureretsi Ibaharurira, Ikabahembera ivyo mwakoze.

وَٱبۡتَلُواْ ٱلۡيَتَٰمَىٰ حَتَّىٰٓ إِذَا بَلَغُواْ ٱلنِّكَاحَ فَإِنۡ ءَانَسۡتُم مِّنۡهُمۡ رُشۡدٗا فَٱدۡفَعُوٓاْ إِلَيۡهِمۡ أَمۡوَٰلَهُمۡۖ وَلَا تَأۡكُلُوهَآ إِسۡرَافٗا وَبِدَارًا أَن يَكۡبَرُواْۚ وَمَن كَانَ غَنِيّٗا فَلۡيَسۡتَعۡفِفۡۖ وَمَن كَانَ فَقِيرٗا فَلۡيَأۡكُلۡ بِٱلۡمَعۡرُوفِۚ فَإِذَا دَفَعۡتُمۡ إِلَيۡهِمۡ أَمۡوَٰلَهُمۡ فَأَشۡهِدُواْ عَلَيۡهِمۡۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ حَسِيبٗا ٦

7. Abahungu bakuze canke bakiri bato, barafise ico bagenewe n'Imana Allah mu bisigi vy'abavyeyi n'ivy'abavandimwe babo bapfuye. N'abakobwa bakuze canke bakiri bato, na bo nyene barafise ico bagenewe n'Imana Allah mu bisigi vy'abavyeyi n'ivy'abavandimwe babo bapfuye, uko bingana kwose, biba bike canke vyinshi, ni umugabane bagenewe n'ibwirizwa ry'Imana Allah.

لِّلرِّجَالِ نَصِيبٞ مِّمَّا تَرَكَ ٱلۡوَٰلِدَانِ وَٱلۡأَقۡرَبُونَ وَلِلنِّسَآءِ نَصِيبٞ مِّمَّا تَرَكَ ٱلۡوَٰلِدَانِ وَٱلۡأَقۡرَبُونَ مِمَّا قَلَّ مِنۡهُ أَوۡ كَثُرَۚ نَصِيبٗا مَّفۡرُوضٗا ٧

8. Nihagaburwa ibisigi, hakaba hari abavandimwe b'umuhisi batari ku rutonde rw'abatorana, impfuvyi hamwe n'abakene, murashobora kubaha ibibabeshaho kuri nya bisigi imbere yuko bigaburwa, muheze munabayagishe neza ata gashinyaguro.

وَإِذَا حَضَرَ ٱلْقِسْمَةَ أُوْلُواْ ٱلْقُرْبَىٰ وَٱلْيَتَٰمَىٰ وَٱلْمَسَٰكِينُ فَٱرْزُقُوهُم مِّنْهُ وَقُولُواْ لَهُمْ قَوْلًا مَّعْرُوفًا ﴿٨﴾

9. Abahagarikiye impfuvyi, bategerezwa gutinya kuzirenganya; nka kurya batinya kurenganywa no kwangazwa kw'abana babo mu gihe bobasiga ari impfuvyi. Baratinya rero Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, mu gucungera amatungo no kurera impfuvyi ata kuzibangamira, baheze banaziyagishe neza mu kuzihumuriza.

وَلْيَخْشَ ٱلَّذِينَ لَوْ تَرَكُواْ مِنْ خَلْفِهِمْ ذُرِّيَّةً ضِعَٰفًا خَافُواْ عَلَيْهِمْ فَلْيَتَّقُواْ ٱللَّهَ وَلْيَقُولُواْ قَوْلًا سَدِيدًا ﴿٩﴾

10. Mu vy'ukuri, abatandukira mu kwihereza amatungo y'impfuvyi bakayarya, ni ukuri barya umuriro uzororumba mu nda zabo ku musi w'izuka, kandi bazokwinjira mu muriro wama wegenyejwe.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَأْكُلُونَ أَمْوَٰلَ ٱلْيَتَٰمَىٰ ظُلْمًا إِنَّمَا يَأْكُلُونَ فِى بُطُونِهِمْ نَارًا ۖ وَسَيَصْلَوْنَ سَعِيرًا ﴿١٠﴾

11. Imana Allah Ibabwirije kugaburira ibisigi abana banyu. Mu gihe rero umwe muri mwebwe yohwera agasiga abana b'abahungu n'abakobwa, baraheza bagatorana ibisigi vyose, maze umuhungu agatorana ibigwijwe kabiri vy'ivyo umukobwa atorana; mu gihe yosiga abana b'abakobwa gusa barenga babiri, baraheza bagatorana bibiri vya gatatu vy'ibisigi vyose; mu gihe yosiga umwana w'umukobwa umwe gusa, araheza agatorana igice c'ibisigi. Abavyeyi b'umuhisi, umwe wese muri bo atorana ica gatandatu c'ibisigi, mu gihe umuhisi yosiga umwana w'umuhungu canke w'umukobwa, umwe canke benshi. Mu gihe atosiga umwana, hagatorana abavyeyi biwe gusa, nyina araheza agatorana ica gatatu, se na we agatorana ibisigaye. Mu gihe umuhisi yosiga benewabo babiri canke barenga, abahungu canke abakobwa, nyina wiwe araheza agatorana ica gatandatu, se na we agatorana ibisigaye, benewabo na bo nta co batorana. Iri gaburwa ry'ibisigi riba inyuma y'ukwubahirizwa kw'iragi ry'umuhisi ryo gutanga ibitarenga ica gatatu c'ibisigi vyose, canke inyuma yo kuriha ingurane aheranye. Ba so hamwe n'abana banyu bagenewe gutorana, ntimuzi uwoba muri bo ari we kirumara kuruta kuri mwebwe. Iryo gaburwa ry'ibisigi rero, ni ibwirizwa kuri mwebwe, muhawe n'Imana Allah. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye Izi neza ibiremwa vyayo, ni Intungane mu vyo Ikora;

يُوصِيكُمُ ٱللَّهُ فِىٓ أَوْلَٰدِكُمْ ۖ لِلذَّكَرِ مِثْلُ حَظِّ ٱلْأُنثَيَيْنِ ۚ فَإِن كُنَّ نِسَآءً فَوْقَ ٱثْنَتَيْنِ فَلَهُنَّ ثُلُثَا مَا تَرَكَ ۖ وَإِن كَانَتْ وَٰحِدَةً فَلَهَا ٱلنِّصْفُ ۚ وَلِأَبَوَيْهِ لِكُلِّ وَٰحِدٍ مِّنْهُمَا ٱلسُّدُسُ مِمَّا تَرَكَ إِن كَانَ لَهُۥ وَلَدٌ ۚ فَإِن لَّمْ يَكُن لَّهُۥ وَلَدٌ وَوَرِثَهُۥٓ أَبَوَاهُ فَلِأُمِّهِ ٱلثُّلُثُ ۚ فَإِن كَانَ لَهُۥٓ إِخْوَةٌ فَلِأُمِّهِ ٱلسُّدُسُ ۚ مِنۢ بَعْدِ وَصِيَّةٍ يُوصِى بِهَآ أَوْ دَيْنٍ ۗ ءَابَآؤُكُمْ وَأَبْنَآؤُكُمْ لَا تَدْرُونَ أَيُّهُمْ أَقْرَبُ لَكُمْ نَفْعًا ۚ فَرِيضَةً مِّنَ ٱللَّهِ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلِيمًا حَكِيمًا ﴿١١﴾

12. Na mwe abagabo murafise gutorana igice c'ibisigi vy'abakenyezi banyu, mu gihe badasize umwana w'umuhungu canke w'umukobwa. Mu gihe bosiga

۞وَلَكُمْ نِصْفُ مَا تَرَكَ أَزْوَٰجُكُمْ إِن لَّمْ يَكُن لَّهُنَّ وَلَدٌ ۚ فَإِن كَانَ لَهُنَّ وَلَدٌ

فَلَكُمُ ٱلرُّبُعُ مِمَّا تَرَكۡنَۚ مِنۢ بَعۡدِ وَصِيَّةٖ يُوصِينَ بِهَآ أَوۡ دَيۡنٖۚ وَلَهُنَّ ٱلرُّبُعُ مِمَّا تَرَكۡتُمۡ إِن لَّمۡ يَكُن لَّكُمۡ وَلَدٞۚ فَإِن كَانَ لَكُمۡ وَلَدٞ فَلَهُنَّ ٱلثُّمُنُ مِمَّا تَرَكۡتُمۚ مِّنۢ بَعۡدِ وَصِيَّةٖ تُوصُونَ بِهَآ أَوۡ دَيۡنٖۗ وَإِن كَانَ رَجُلٞ يُورَثُ كَلَٰلَةً أَوِ ٱمۡرَأَةٞ وَلَهُۥٓ أَخٌ أَوۡ أُخۡتٞ فَلِكُلِّ وَٰحِدٖ مِّنۡهُمَا ٱلسُّدُسُۚ فَإِن كَانُوٓاْ أَكۡثَرَ مِن ذَٰلِكَ فَهُمۡ شُرَكَآءُ فِي ٱلثُّلُثِۚ مِنۢ بَعۡدِ وَصِيَّةٖ يُوصَىٰ بِهَآ أَوۡ دَيۡنٍ غَيۡرَ مُضَآرّٖۚ وَصِيَّةٗ مِّنَ ٱللَّهِۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَلِيمٞ ١٢

umwana, naho nyene murafise gutorana ica kane c'ibisigi vyabo. Iri gaburwa ry'ibisigi riba inyuma yo kwubahiriza iragi ry'umuhisi ryo gutanga ibitarenga ica gatatu c'ibisigi vyose, canke inyuma yo kuriha ingurane aheranye. Abakenyezi banyu na bo barafise gutorana ica kane c'ibisigi vyanyu, mu gihe mwoba mutasize umwana w'umuhungu canke w'umukobwa; mu gihe mwosiga umwana naho, barafise gutorana ic'umunani c'ibisigi vyanyu[1]. Iri gaburwa ry'ibisigi riba inyuma yo kwubahiriza iragi ryanyu ryo gutanga ibitarenga ica gatatu c'ibisigi vyose, canke inyuma yo kuriha ingurane muheranye. Iyo umugabo canke umugore ahwereye ntasige umwana n'umwe canke umuvyeyi, akaba afise musazawe canke mushikiwe basangiye nyina, umwe wese muri bo araheza agatorana ica gatandatu; mu gihe yoba naho afise basazawe canke bashikiwe barenze umwe basangiye nyina, baraheza bagatorana ica gatatu c'ibisigi, maze bakakigabura bakanganya bataravye igitsina-gabo canke igitsina-gore. Iri gaburwa ry'ibisigi riba inyuma yo kwubahiriza iragi ry'umuhisi ryo gutanga ibitarenga ica gatatu c'ibisigi vyose, canke inyuma yo kuriha ingurane aheranye mu buryo budatera intambamyi[2] abatorana. Iryo ni ryo ragi murazwe n'Imana Allah. Burya rero Imana Allah ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi ibitunganye ku baja bayo, Nyenubwitonzi-ntangere.

تِلۡكَ حُدُودُ ٱللَّهِۚ وَمَن يُطِعِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ يُدۡخِلۡهُ جَنَّٰتٖ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَاۚ وَذَٰلِكَ ٱلۡفَوۡزُ ٱلۡعَظِيمُ ١٣

13. Izo ngingo zerekeye ugutunganiriza impfuvyi, ukwabira abakenyezi no gutorana ibisigi, ni imbibe z'ibitegetswe n'Imana Allah, mutegetswe kutazirengako. Uwo wese rero azokwumvira Imana Allah n'Intumwa yayo akubahiriza izo ngingo n'ayandi mabwirizwa, Imana Allah Izomwinjiza mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazobamwo ibihe bidahera. Iyo ni na yo ntsinzi ihambaye.

وَمَن يَعۡصِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَيَتَعَدَّ حُدُودَهُۥ يُدۡخِلۡهُ نَارًا خَٰلِدٗا فِيهَا وَلَهُۥ عَذَابٞ مُّهِينٞ ١٤

14. Uwo wese azogabitaniriza Imana Allah n'Intumwa yayo mu guhakana yivuye inyuma amabwirizwa yayo, maze akayarengako canke akayahindura, Imana Allah Izomwinjiza mu muriro, awubemwo ibihe bidahera, aranategekanirijwe n'ibihano bisuzuguza.

وَٱلَّٰتِي يَأۡتِينَ ٱلۡفَٰحِشَةَ مِن نِّسَآئِكُمۡ فَٱسۡتَشۡهِدُواْ عَلَيۡهِنَّ أَرۡبَعَةٗ مِّنكُمۡۖ فَإِن

15. Abasambanye mu bakenyezi banyu murasaba ivyabona vy'abagabo bine vy'intungane muri mwebwe abislamu bibagirize; nivyabagiriza ico caha,

[1] Ica kane canke ic'umunani c'ibisigi, umukenyezi agitorana ari umwe, iyo barenga umwe naho barakigabura bakanganya.

[2] Nko kuriha ingurane umuhisi atigeze arya canke gusiga iragi ryo gutanga ibirenga ica gatatu c'ibisigi.

murabahanisha ukwugaranirwa mu nzu gushika gupfa canke gushika Imana Allah Ibaciriye inzira yo kubeza ico gihano;

شَهِدُواْ فَأَمۡسِكُوهُنَّ فِي ٱلۡبُيُوتِ حَتَّىٰ يَتَوَفَّىٰهُنَّ ٱلۡمَوۡتُ أَوۡ يَجۡعَلَ ٱللَّهُ لَهُنَّ سَبِيلٗا ١٥

16. Nayo abasambana muri mwebwe abagabo, murabahanisha ugukubitwa, kubomora no kubanebagura. Nibaramuka bihanye bagakora ivyiza bitegetswe, murashoka mwirengagiza ukubahana. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenukwumvirabigaya, Nyenimpuhwe ku batoni bayo[1].

وَٱلَّذَانِ يَأۡتِيَٰنِهَا مِنكُمۡ فَـَٔاذُوهُمَاۖ فَإِن تَابَا وَأَصۡلَحَا فَأَعۡرِضُواْ عَنۡهُمَآۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ تَوَّابٗا رَّحِيمًا ١٦

17. Ni ukuri, ukwigaya kwemewe ku Mana Allah, ni ukw'abakora ibicumuro n'ivyaha ku bujuju bwo kutamenya ingaruka yavyo, hanyuma bakagaruka ku Mana Allah bakayumvira batarashika ku mpfiro, abo rero ni bo Imana Allah Yemerera ukwigaya kwabo. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora.

إِنَّمَا ٱلتَّوۡبَةُ عَلَى ٱللَّهِ لِلَّذِينَ يَعۡمَلُونَ ٱلسُّوٓءَ بِجَهَٰلَةٖ ثُمَّ يَتُوبُونَ مِن قَرِيبٖ فَأُوْلَٰٓئِكَ يَتُوبُ ٱللَّهُ عَلَيۡهِمۡۗ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلِيمًا حَكِيمٗا ١٧

18. Ukwigaya kwemewe rero, si ukw'abatsimbatara ku vyaha n'ibicumuro, ntibaheze ngo bagaruke ku Mana Allah gushika bagere ku mpfiro, ahasigaye umwe muri bo akavuga ati: "Jewe mu vy'ukuri, ubu ndigaye ku Mana Allah", ni nk'uko nyene ukwigaya kw'abapfa bakigarariza Imana Allah n'Intumwa yayo, ntikwemerwa. Abo ni bo rero Twebwe Allah Twategekanirije ibihano bibabaza.

وَلَيۡسَتِ ٱلتَّوۡبَةُ لِلَّذِينَ يَعۡمَلُونَ ٱلسَّيِّـَٔاتِ حَتَّىٰٓ إِذَا حَضَرَ أَحَدَهُمُ ٱلۡمَوۡتُ قَالَ إِنِّي تُبۡتُ ٱلۡـَٰٔنَ وَلَا ٱلَّذِينَ يَمُوتُونَ وَهُمۡ كُفَّارٌۚ أُوْلَٰٓئِكَ أَعۡتَدۡنَا لَهُمۡ عَذَابًا أَلِيمًا ١٨

19. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimurekuriwe kwihagira abakenyezi basigwa na ba so ku gahato, mukabafata nk'aho boba ari ibisigi, mu kubabira canke kubabuza kwabirwa, kubashingira ku bandi bagabo ku gahato. Ntimunarekuriwe kubangamira abakenyezi banyu kugira babahebere ku gahato zimwe mu nkwano mwabahaye, n'ibindi, kiretse mu gihe bokora icaha c'agahomerabunwa (nk'ugusambana), muri ico gihe rero, murekuriwe kubagumya gushika babiyambuye mu kubasubiza inkwano mwabahaye. Muraheza rero mubane n'abakenyezi banyu ku neza, mu rukundo n'iteka nta ngere mu mvugo n'ingiro. Nimwaramuka mubanse ku mvo iyi canke iriya ishingiye ku vy'isi, murabihanganira, kuko

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا يَحِلُّ لَكُمۡ أَن تَرِثُواْ ٱلنِّسَآءَ كَرۡهٗاۖ وَلَا تَعۡضُلُوهُنَّ لِتَذۡهَبُواْ بِبَعۡضِ مَآ ءَاتَيۡتُمُوهُنَّ إِلَّآ أَن يَأۡتِينَ بِفَٰحِشَةٖ مُّبَيِّنَةٖۚ وَعَاشِرُوهُنَّ بِٱلۡمَعۡرُوفِۚ فَإِن كَرِهۡتُمُوهُنَّ فَعَسَىٰٓ أَن تَكۡرَهُواْ شَيۡـٔٗا وَيَجۡعَلَ ٱللَّهُ فِيهِ خَيۡرٗا كَثِيرٗا ١٩

[1] Iyi Aayah n'iyiri haruguru yayo, zirerekana ko abagabo basambanye babangamirwa gushika bigaye. Abagore na bo basambanye bakugaranirwa mu nzu, bagacibwa mu bandi mu gukumirwa gushika bapfe. Iyi ngingo yarubahirijwe mu ntango y'ubwislamu, hanyuma iza guhagarikwa n'ingingo iri mu gisomwa An-Nuuri, Aayah ya 2 ivuga ku gihano co gutera amabuye abasambanye bubatse izabo, mu gihe bigenga, bageze mu bigero, bakwije ubwenge, bakaba kandi barahuje koko ibitsina. Abatubatse bahanishwa ugukubitwa inkoni ijana n'ukwomorwa umwaka umwe.

hari n'aho mwokwanka ikintu, maze Imana Allah Ikagishiramwo ivyiza vyinshi.

20. Nimwashaka kwabira umugore asubirira uwundi mwipfuza kwahukana, mukaba mwari mwaramaze guha uwo mwipfuza kwahukana inkwano nyinshi, ntimurekuriwe namba kwiha na kimwe kuri nya nkwano. Mbega none muyihako mukoresheje ikinyoma kigaragara, kandi mutanayifiseko uburenganzira!

وَإِنْ أَرَدتُّمُ ٱسْتِبْدَالَ زَوْجٍ مَّكَانَ زَوْجٍ وَءَاتَيْتُمْ إِحْدَىٰهُنَّ قِنطَارًا فَلَا تَأْخُذُوا۟ مِنْهُ شَيْـًٔا ۚ أَتَأْخُذُونَهُۥ بُهْتَٰنًا وَإِثْمًا مُّبِينًا ﴿٢٠﴾

21. Ni gute mworekurirwa kuyihako kandi mwaramaze kwihererana na bo mu kurangura amabanga y'abubatse, kandi na bo nyene bakaba baramaze kubaha isezerano riremereye ryo kubana ku neza canke kwahukana ku neza!

وَكَيْفَ تَأْخُذُونَهُۥ وَقَدْ أَفْضَىٰ بَعْضُكُمْ إِلَىٰ بَعْضٍ وَأَخَذْنَ مِنكُم مِّيثَٰقًا غَلِيظًا ﴿٢١﴾

22. Kiranazira kuri mwebwe kwabira mu bakenyezi, uwigeze kwabirwa na ba so, kiretse ku vyabaye imbere yuko muba abislamu. Burya ukwabira abakenyezi bigeze kwabirwa na ba so, ni icaha kibi cane c'agahomerabunwa, kiranashavuza Imana Allah, ni n'inzira n'inyifato mbi.

وَلَا تَنكِحُوا۟ مَا نَكَحَ ءَابَآؤُكُم مِّنَ ٱلنِّسَآءِ إِلَّا مَا قَدْ سَلَفَ ۚ إِنَّهُۥ كَانَ فَٰحِشَةً وَمَقْتًا وَسَآءَ سَبِيلًا ﴿٢٢﴾

23. Haraziririjwe kuri mwebwe kwabira mu bakenyezi, ba nyoko na ba nyokuru bo ku ruhande rwa ba so canke rwa ba nyoko; abakobwa banyu n'abuzukuru b'abakobwa b'abana banyu kubandanya umanuka; bashikanyu musangiye abavyeyi bompi canke umwe muri bo; ba senge na bashiki ba sokuru banyu; ba nyokwanyu na ba nyokuru banyu; abakobwanyu; abishwanyu n'abakobwa babo; ba nyoko b'ibere; bashikanyu b'ibere[1], ba nyokobukwe[2], abakobwa b'abakenyezi banyu bavutse ku bandi bagabo barererwa kenshi iwanyu[3], mu gihe mwoba mwaramaze guhuza ibitsina mu kurangurana na ba nyina babo amabanga y'abubatse, mu gihe mwoba mutari bwayarangurane hanyuma mukahukana na bo canke bagapfa, aho nta kabi kuri mwebwe kari mu kwabira nya bakobwa; abakazana banyu bashingiwe abahungu mwibarutse canke abonkejwe n'abakenyezi banyu, mu gihe boba barashingiwe gusa, n'aho boba bataranguranye amabanga y'abubatse; kwabira umugore hamwe n'uwo bavukana basangiye amaraso canke bonse rimwe[4], kiretse ku vyabaye imbere yuko muba abislamu. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

حُرِّمَتْ عَلَيْكُمْ أُمَّهَٰتُكُمْ وَبَنَاتُكُمْ وَأَخَوَٰتُكُمْ وَعَمَّٰتُكُمْ وَخَٰلَٰتُكُمْ وَبَنَاتُ ٱلْأَخِ وَبَنَاتُ ٱلْأُخْتِ وَأُمَّهَٰتُكُمُ ٱلَّٰتِىٓ أَرْضَعْنَكُمْ وَأَخَوَٰتُكُم مِّنَ ٱلرَّضَٰعَةِ وَأُمَّهَٰتُ نِسَآئِكُمْ وَرَبَٰٓئِبُكُمُ ٱلَّٰتِى فِى حُجُورِكُم مِّن نِّسَآئِكُمُ ٱلَّٰتِى دَخَلْتُم بِهِنَّ فَإِن لَّمْ تَكُونُوا۟ دَخَلْتُم بِهِنَّ فَلَا جُنَاحَ عَلَيْكُمْ وَحَلَٰٓئِلُ أَبْنَآئِكُمُ ٱلَّذِينَ مِنْ أَصْلَٰبِكُمْ وَأَن تَجْمَعُوا۟ بَيْنَ ٱلْأُخْتَيْنِ إِلَّا مَا قَدْ سَلَفَ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿٢٣﴾

[1] Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaraziririje ku bonse rimwe ibisanzwe bizira ku bavukana basangiye amaraso.

[2] Mwaba mumaze kurangurana amabanga y'abubatse n'abakobwa babo canke mutarayarangurana.

[3] Kiranazira kubabira n'aho boba batararewe iwanyu.

[4] Kirazira kandi mu migenzo y'intumwa kwabira umugore hamwe na inasenge canke na nyinabo.

24. Kiranazira kwabira abakenyezi basanzwe bubatse izabo, kiretse inyuma yo kwarama kw'uwapfakaye canke kw'uwahukanye, canke mu gihe bagizwe imbohe mu ndwano inyuma yuko bavuye mu butinyanka rimwe. Abo rero ni bo bakenyezi Imana Allah Yaziririje ko mwobabira, Iraheza Ibarekurira kwabira abatari abo, mu bo mwipfuza kwubakana bidaciye mu busambanyi, mumaze gutanga inkwano zanyu. Abo muzorangurana amabanga y'abubatse muri bo inyuma yo kuragana, muraheza mubahereze inkwano zabo mwategetswe n'Imana Allah, nta n'icaha kuri mwebwe mu gihe mwokwumvikana kurenza, canke kugabanya ku nkwano zitegetswe mwamaze kwumvikanako. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora.

۞وَٱلۡمُحۡصَنَٰتُ مِنَ ٱلنِّسَآءِ إِلَّا مَا مَلَكَتۡ أَيۡمَٰنُكُمۡۖ كِتَٰبَ ٱللَّهِ عَلَيۡكُمۡۚ وَأُحِلَّ لَكُم مَّا وَرَآءَ ذَٰلِكُمۡ أَن تَبۡتَغُواْ بِأَمۡوَٰلِكُم مُّحۡصِنِينَ غَيۡرَ مُسَٰفِحِينَۚ فَمَا ٱسۡتَمۡتَعۡتُم بِهِۦ مِنۡهُنَّ فَـَٔاتُوهُنَّ أُجُورَهُنَّ فَرِيضَةٗۚ وَلَا جُنَاحَ عَلَيۡكُمۡ فِيمَا تَرَٰضَيۡتُم بِهِۦ مِنۢ بَعۡدِ ٱلۡفَرِيضَةِۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلِيمًا حَكِيمٗا ٢٤

25. Uwudashoboye muri mwebwe gutanga inkwano z'abakenyezi bigenga b'abemeramanakazi, araheza yabire mu bigeme banyu b'abagurano b'abemeramanakazi. Burya Imana Allah ni Yo Izi neza ukwemera kwanyu, ntimuzogire isoni rero zo kwabira abagurano, kuko mwese musangiye inkomoko-muntu, murababira rero ku burenganzira bw'abavandimwe babo, munabahereze inkwano zabo mwumvikanye ku neza, maze bubake rugume badasambana, batanagira abahabara. Nibamara kwabirwa bagakora icaha c'agahomerabunwa c'ubusambanyi, murabahanisha igice c'igihano c'ubusambanyi gihabwa abakenyezi bigenga. Ukwabira abakenyezi b'abagurano rero, kurekuriwe uwutinya ko yohava agwa mu caha c'ubusambanyi kuko adashoboye kwihangana. Mushoboye kutabira abagurano mukihanganira kudasambana, ni vyiza cane kuri mwebwe kurusha. Burya Imana Allah ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَمَن لَّمۡ يَسۡتَطِعۡ مِنكُمۡ طَوۡلًا أَن يَنكِحَ ٱلۡمُحۡصَنَٰتِ ٱلۡمُؤۡمِنَٰتِ فَمِن مَّا مَلَكَتۡ أَيۡمَٰنُكُم مِّن فَتَيَٰتِكُمُ ٱلۡمُؤۡمِنَٰتِۚ وَٱللَّهُ أَعۡلَمُ بِإِيمَٰنِكُمۚ بَعۡضُكُم مِّنۢ بَعۡضٖۚ فَٱنكِحُوهُنَّ بِإِذۡنِ أَهۡلِهِنَّ وَءَاتُوهُنَّ أُجُورَهُنَّ بِٱلۡمَعۡرُوفِ مُحۡصَنَٰتٍ غَيۡرَ مُسَٰفِحَٰتٖ وَلَا مُتَّخِذَٰتِ أَخۡدَانٖۚ فَإِذَآ أُحۡصِنَّ فَإِنۡ أَتَيۡنَ بِفَٰحِشَةٖ فَعَلَيۡهِنَّ نِصۡفُ مَا عَلَى ٱلۡمُحۡصَنَٰتِ مِنَ ٱلۡعَذَابِۚ ذَٰلِكَ لِمَنۡ خَشِيَ ٱلۡعَنَتَ مِنكُمۡۚ وَأَن تَصۡبِرُواْ خَيۡرٞ لَّكُمۡۗ وَٱللَّهُ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٢٥

26. Imana Allah mu kubashingira izo ngingo, Ishaka kubatomorera ibiranga idini ryayo ritomoye, Inabereke inzira igororotse y'Abavugishwamana n'aberanda b'aho hambere yanyu, kugira mubigane, Iheze Ibumvire ukwigaya kwanyu, burya Imana Allah ni Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora;

يُرِيدُ ٱللَّهُ لِيُبَيِّنَ لَكُمۡ وَيَهۡدِيَكُمۡ سُنَنَ ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِكُمۡ وَيَتُوبَ عَلَيۡكُمۡۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٞ ٢٦

27. Imana Allah Ishaka kubumvira ukwigaya kwanyu Iheze Ibababarire, mu gihe abatwarwa n'ivyipfuzo vyabo bashaka ko muhengama cane mugata inzira y'idini;

وَٱللَّهُ يُرِيدُ أَن يَتُوبَ عَلَيۡكُمۡ وَيُرِيدُ ٱلَّذِينَ يَتَّبِعُونَ ٱلشَّهَوَٰتِ أَن تَمِيلُواْ مَيۡلًا عَظِيمٗا ٢٧

28. Imana Allah Ishaka kuborohereza mu vyo Ibategeka kuko kiremwa-muntu caremanwe ingoga nke zo kurwanya ivyipfuzo vyaco.

يُرِيدُ ٱللَّهُ أَن يُخَفِّفَ عَنكُمۡۚ وَخُلِقَ ٱلۡإِنسَٰنُ ضَعِيفٗا ٢٨

29. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nta n'umwe muri mwebwe arekuriwe kwihagira amatungo y'abandi ata burenganzira ayafiseko, kiretse mu gihe yubahirije ingingo zerekeye urudandazwa mu mwumvikano hagati yanyu; kandi ntimukihekure mu kwicana hagati yanyu kuko vyotuma muhona. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenimbabazi, Ibafitiye impuhwe mu vyo Ibabwiriza vyose.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَأۡكُلُوٓاْ أَمۡوَٰلَكُم بَيۡنَكُم بِٱلۡبَٰطِلِ إِلَّآ أَن تَكُونَ تِجَٰرَةً عَن تَرَاضٖ مِّنكُمۡۚ وَلَا تَقۡتُلُوٓاْ أَنفُسَكُمۡۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ بِكُمۡ رَحِيمٗا ٢٩

30. Uwo wese rero azorenga ku vyabujijwe n'Imana Allah, akihagira amatungo y'abandi ku karenganyo[1], aramenya ko Twebwe Allah Tuzomwinjiza mu muriro, kandi ukumuhanisha umuriro biroroshe ku Mana Allah.

وَمَن يَفۡعَلۡ ذَٰلِكَ عُدۡوَٰنٗا وَظُلۡمٗا فَسَوۡفَ نُصۡلِيهِ نَارٗاۚ وَكَانَ ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ يَسِيرًا ٣٠

31. Bemeramana! Nimwirinda gukora ivyaha rutura[2] mu vyo mubuzwa, Tuzoheza Tubababarire ibicumuro n'ivyaha vyanyu bitobito, maze Tubinjize ubwinjiriro bwiza kandi bwubashwe bugana mu Bwami bw'ijuru;

إِن تَجۡتَنِبُواْ كَبَآئِرَ مَا تُنۡهَوۡنَ عَنۡهُ نُكَفِّرۡ عَنكُمۡ سَيِّـَٔاتِكُمۡ وَنُدۡخِلۡكُم مُّدۡخَلٗا كَرِيمٗا ٣١

32. Ntimukipfuze ivyo Imana Allah Yateje iteka bamwe muri mwebwe; nko guhabwa ubuhinga n'ibibabeshaho, n'ibindi. Burya Imana Allah Yageneye abagabo kuronka umugabane w'impembo hisunzwe ivyo barondeye; n'abagore nyene Yabageneye kuronka umugabane w'impembo hisunzwe ivyo barondeye. Muraheza rero musabe Imana Allah, Izobaronsa mu mpano zayo, ha kwipfuza ivy'abandi. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye Izi ibikwiye bitunganye mu vyo Igenera ibiremwa vyayo, ni Nyenubumenyikurivyose.

وَلَا تَتَمَنَّوۡاْ مَا فَضَّلَ ٱللَّهُ بِهِۦ بَعۡضَكُمۡ عَلَىٰ بَعۡضٖۚ لِّلرِّجَالِ نَصِيبٞ مِّمَّا ٱكۡتَسَبُواْۖ وَلِلنِّسَآءِ نَصِيبٞ مِّمَّا ٱكۡتَسَبۡنَۚ وَسۡـَٔلُواْ ٱللَّهَ مِن فَضۡلِهِۦٓۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٗا ٣٢

33. Umwe wese muri mwebwe rero, Twaramugeneye abatorana ibisigi vy'abavyeyi n'ivy'abavandimwe biwe, hamwe rero n'abo mwanywanye mu kurahira ko mutegerezwa gutabarana no guhana ku bisigi, abo rero murabaha ico bagenewe mu bisigi[3]. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye Ibona neza ibikorwa vyose vy'ibiremwa, ni Yo Cabonamurivyose.

وَلِكُلّٖ جَعَلۡنَا مَوَٰلِيَ مِمَّا تَرَكَ ٱلۡوَٰلِدَانِ وَٱلۡأَقۡرَبُونَۚ وَٱلَّذِينَ عَقَدَتۡ أَيۡمَٰنُكُمۡ فَـَٔاتُوهُمۡ نَصِيبَهُمۡۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ شَهِيدًا ٣٣

[1] Nko kwiba, kwambura utwa murundi no guhangika.
[2] Nk'ibangikanyamana, kutubaha no kutubahiriza agateka k'abavyeyi, no kwicira umuntu ubusa, n'ibindi.
[3] Ugutorana hisunzwe ukunywana kwarubahirizwa mu ntango y'ubwislamu, ariko mu nyuma iyo ngingo yahavuye isubirirwa n'ingingo zo gutorana. Raba Aayah ya 11 n'iya 12 muri iki gisomwa c'Abakenyezi.

34. Abagabo ni bo bahagarikizi batunganiriza abakenyezi, ku kubera ivyo Imana Allah Yabateje iteka mu ngimba n'ubukerebutsi, gutanga inkwano hamwe rero no kubeshaho umuryango. Aberanda mu bakenyezi rero, ni barya bicisha bugufi ku Mana Allah, bumvira abo bubakanye, bakanabungabunga n'ivyo baragijwe n'Imana Allah ku bushobozi bwayo, batarinze gushingwa ijisho n'abo bubakanye[1]. Nayo abakenyezi mutinya ko bokwiganza mu kutababubaha, murabahanura mu rupfasoni; nibatihana, murabahunga ku buriri ntimubegere; nibatihana, murabakubita mutavuna igufa. Nibaramuka babumviye rero bakihana, ntimuzohirahire ngo mubarenganye na gato mu mvugo canke mu ngiro. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenicubahiro-ntangere, Nyenubukuru.

ٱلرِّجَالُ قَوَّٰمُونَ عَلَى ٱلنِّسَآءِ بِمَا فَضَّلَ ٱللَّهُ بَعۡضَهُمۡ عَلَىٰ بَعۡضٖ وَبِمَآ أَنفَقُواْ مِنۡ أَمۡوَٰلِهِمۡۚ فَٱلصَّٰلِحَٰتُ قَٰنِتَٰتٌ حَٰفِظَٰتٞ لِّلۡغَيۡبِ بِمَا حَفِظَ ٱللَّهُۚ وَٱلَّٰتِي تَخَافُونَ نُشُوزَهُنَّ فَعِظُوهُنَّ وَٱهۡجُرُوهُنَّ فِي ٱلۡمَضَاجِعِ وَٱضۡرِبُوهُنَّۖ فَإِنۡ أَطَعۡنَكُمۡ فَلَا تَبۡغُواْ عَلَيۡهِنَّ سَبِيلًاۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلِيّٗا كَبِيرٗا ٣٤

35. Emwe muserukira imiryango! Nimwamenya ko hagati y'abubatse hari ukutumvikana kwotuma bahukana, muraheza murungike umuhanuzi w'intungane avuye ku ruhande rw'umukenyezi n'umuhanuzi w'intungane avuye ku ruhande rw'umugabo, baheze barabire hamwe ingingo yokwubahirizwa ku neza y'abubakanye. Abo bahanuzi rero, nibashira imbere ukubasubiza hamwe, Imana Allah Izokworosha imitima yabo, maze basubize hamwe babane. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Muhetuziwavyose.

وَإِنۡ خِفۡتُمۡ شِقَاقَ بَيۡنِهِمَا فَٱبۡعَثُواْ حَكَمٗا مِّنۡ أَهۡلِهِۦ وَحَكَمٗا مِّنۡ أَهۡلِهَآ إِن يُرِيدَآ إِصۡلَٰحٗا يُوَفِّقِ ٱللَّهُ بَيۡنَهُمَآۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلِيمًا خَبِيرٗا ٣٥

36. Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende, ntimukanayibangikanye n'ikintu na kimwe, muheze mwubahe mwubahirize n'agateka k'abavyeyi ku bugwaneza, mube n'abagwaneza ku bavandimwe, ku mpfuvyi, ku bakene, ku mubanyi wa hafi n'uwa kure, ku mugenzi musanganwe canke muri kumwe ku rugendo, ku wakehaniwe ku rugendo no ku bagurano mugaba. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntikunda namba abishima, birata ku bantu;

۞وَٱعۡبُدُواْ ٱللَّهَ وَلَا تُشۡرِكُواْ بِهِۦ شَيۡـٔٗاۖ وَبِٱلۡوَٰلِدَيۡنِ إِحۡسَٰنٗا وَبِذِي ٱلۡقُرۡبَىٰ وَٱلۡيَتَٰمَىٰ وَٱلۡمَسَٰكِينِ وَٱلۡجَارِ ذِي ٱلۡقُرۡبَىٰ وَٱلۡجَارِ ٱلۡجُنُبِ وَٱلصَّاحِبِ بِٱلۡجَنۢبِ وَٱبۡنِ ٱلسَّبِيلِ وَمَا مَلَكَتۡ أَيۡمَٰنُكُمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ مَن كَانَ مُخۡتَالٗا فَخُورًا ٣٦

37. Ingumyi zidatanga mu vyo zahawe n'Imana Allah, zikanabwiriza abandi kuba ingumyi, zikanihakana inema zahawe n'Imana Allah, zikananyegeza ivyo zahawe mu mpano zayo. Burya Twebwe Allah Twarategekanirije abagarariji ibihano bisuzuguza;

ٱلَّذِينَ يَبۡخَلُونَ وَيَأۡمُرُونَ ٱلنَّاسَ بِٱلۡبُخۡلِ وَيَكۡتُمُونَ مَآ ءَاتَىٰهُمُ ٱللَّهُ مِن فَضۡلِهِۦۗ وَأَعۡتَدۡنَا لِلۡكَٰفِرِينَ عَذَابٗا مُّهِينٗا ٣٧

38. Twaranategekanirije ibihano barya batanga mu matungo yabo ku kwiyerekana ku bantu, batanemera Imana Allah n'umusi w'iherezo. Ivyo rero, ni ibikorwa bibi

وَٱلَّذِينَ يُنفِقُونَ أَمۡوَٰلَهُمۡ رِئَآءَ ٱلنَّاسِ وَلَا يُؤۡمِنُونَ بِٱللَّهِ وَلَا بِٱلۡيَوۡمِ ٱلۡأٓخِرِۗ وَمَن

[1] Ivyo na vyo, ni icubahiro c'abubakanye mu kudasambana, bakabungabunga n'amatungo yabo mu kudasesagura, bakitwararika n'indero y'ibibondo vyabo.

shetani irarikira abantu. Uwo wese rero shetani izogira umugenzi, azoba agize umugenzi mubi;

يَكُنِ ٱلشَّيۡطَٰنُ لَهُۥ قَرِينٗا فَسَآءَ قَرِينٗا ٣٨

39. Hari ico vyari kubatwara iyo bemera Imana Allah n'umusi w'iherezo, bakanatanga mu vyo Imana Allah Yabahaye bazirikana indishi kuri Yo! Burya Imana Allah Yamye Ibazi, Izi n'ivyo bakora, Izonabibahembera, ni Nyenubumenyikurivyose.

وَمَاذَا عَلَيۡهِمۡ لَوۡ ءَامَنُواْ بِٱللَّهِ وَٱلۡيَوۡمِ ٱلۡأٓخِرِ وَأَنفَقُواْ مِمَّا رَزَقَهُمُ ٱللَّهُۚ وَكَانَ ٱللَّهُ بِهِمۡ عَلِيمًا ٣٩

40. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntirenganya na gato, n'aho koba akantu kangana n'inzatsa. Iciza rero, n'iyo coba kingana n'inzatsa, Imana Allah Iraheza Ikakigwiza, Ikanaha uwagikoze impembo ihambaye y'Ubwami bw'ijuru.

إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَظۡلِمُ مِثۡقَالَ ذَرَّةٖۖ وَإِن تَكُ حَسَنَةٗ يُضَٰعِفۡهَا وَيُؤۡتِ مِن لَّدُنۡهُ أَجۡرًا عَظِيمٗا ٤٠

41. Mbega abantu bazomererwa gute ku musi w'izuka, igihe Twebwe Allah Twarengukije mu mugwi uwo ari wo wose w'abantu, Intumwa warungikiwe kugira iwagirize ku vyo wakoze, Tugashoka Tukurengutsa na wewe Muhamadi kugira wagirize abo warungitsweko, ko wabashikirije ubutumwa buvuye ku Mana yawe Rurema Allah!

فَكَيۡفَ إِذَا جِئۡنَا مِن كُلِّ أُمَّةِۭ بِشَهِيدٖ وَجِئۡنَا بِكَ عَلَىٰ هَٰٓؤُلَآءِ شَهِيدٗا ٤١

42. Uwo musi rero, abagararije Imana Allah bagaca kubiri n'Intumwa, bazokwipfuza ko bopfuma bahinduka bagacika ivu kugira ntibazuke ngo biregure, nta na kimwe bazoshobora kunyegeza Imana Allah mu vyo bakoze kuko Izobaziba akanwa, maze bagirizwe n'ibihimba vyabo.

يَوۡمَئِذٖ يَوَدُّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَعَصَوُاْ ٱلرَّسُولَ لَوۡ تُسَوَّىٰ بِهِمُ ٱلۡأَرۡضُ وَلَا يَكۡتُمُونَ ٱللَّهَ حَدِيثٗا ٤٢

43. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukegere isengesho ngo musenge mu gihe muborewe, gushika mushobore gutandukanya icatsi n'ururo mutahure n'ivyo muvuga[1]; eka ntimugasenge no mu gihe mwashikiwe n'ibihumanya bituma mwiyuhagira; ntimukaje no mu misigiti muri ico gihe, kiretse mu gihe mwoyicamwo murengana gusa, gushika mubanje kwiyuhagira n'amazi. Nimwaba naho murwaye indwara ibabuza kwiyuhagira n'amazi, canke muri ku rugendo mukayabura, canke hakaba muri mwebwe uwuvuye kwituma canke kwihagarika, canke mukaba mwaranguye amabanga y'abubatse, hanyuma mukabura amazi yo kwiyuhagira, canke mugatinya ingaruka yo kuyiyuhagira, muri ico gihe rero, murashoka mukoresha ivu ryiza mu kwihumanura, maze mukubite ibiganza kuri nya vu, muheze mubihanaguze mu maso no ku maboko yanyu. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenuguhariribicumuro, Nyenimbabazi-ntangere.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَقۡرَبُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَأَنتُمۡ سُكَٰرَىٰ حَتَّىٰ تَعۡلَمُواْ مَا تَقُولُونَ وَلَا جُنُبًا إِلَّا عَابِرِي سَبِيلٍ حَتَّىٰ تَغۡتَسِلُواْۚ وَإِن كُنتُم مَّرۡضَىٰٓ أَوۡ عَلَىٰ سَفَرٍ أَوۡ جَآءَ أَحَدٞ مِّنكُم مِّنَ ٱلۡغَآئِطِ أَوۡ لَٰمَسۡتُمُ ٱلنِّسَآءَ فَلَمۡ تَجِدُواْ مَآءٗ فَتَيَمَّمُواْ صَعِيدٗا طَيِّبٗا فَٱمۡسَحُواْ بِوُجُوهِكُمۡ وَأَيۡدِيكُمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَفُوّٗا غَفُورًا ٤٣

[1] Iyi ngingo yubahirijwe imbere yuko inzoga iziririzwa burundu.

أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ أُوتُواْ نَصِيبًا مِّنَ ٱلْكِتَٰبِ يَشْتَرُونَ ٱلضَّلَٰلَةَ وَيُرِيدُونَ أَن تَضِلُّواْ ٱلسَّبِيلَ ﴿٤٤﴾

44. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye inkuru y'abayahudi bahawe ubumenyi bw'ibiri mu Gitabu ca Tawurati, aho bigura ubuhuvyi mu guhindagura ibiri muri co, ha kurongoka mu gukurikira ivyemezo bafise vyerekana ko ubutumwa bwawe ari ubw'ukuri, gutyo ga bemeramana, bakipfuza ko mwohuba inzira igororotse, mukaba nkabo;

وَٱللَّهُ أَعْلَمُ بِأَعْدَآئِكُمْ ۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ وَلِيًّا وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ نَصِيرًا ﴿٤٥﴾

45. Burya Imana Allah Irazi kubarusha abansi banyu n'urwanko babafitiye. Imana Allah Irakwiye kuba ari Yo Muhagarikizi-Rutunganya, Ibatunganiriza ivyanyu. Imana Allah Iranakwiye kuba ari Yo Muterangoga, Ituma mutsinda abansi banyu.

مِّنَ ٱلَّذِينَ هَادُواْ يُحَرِّفُونَ ٱلْكَلِمَ عَن مَّوَاضِعِهِۦ وَيَقُولُونَ سَمِعْنَا وَعَصَيْنَا وَٱسْمَعْ غَيْرَ مُسْمَعٍ وَرَٰعِنَا لَيًّۢا بِأَلْسِنَتِهِمْ وَطَعْنًا فِى ٱلدِّينِ ۚ وَلَوْ أَنَّهُمْ قَالُواْ سَمِعْنَا وَأَطَعْنَا وَٱسْمَعْ وَٱنظُرْنَا لَكَانَ خَيْرًا لَّهُمْ وَأَقْوَمَ وَلَٰكِن لَّعَنَهُمُ ٱللَّهُ بِكُفْرِهِمْ فَلَا يُؤْمِنُونَ إِلَّا قَلِيلًا ﴿٤٦﴾

46. Burya mu bayahudi harimwo umugwi wihaye guhindagura amajambo y'Imana Allah mw'irementanya uko atari, bagaheza bakabwira Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu kwiyorobeka bati: "Twumvise ijambo ryawe!", ariko ku mutima riniga bati: "Twiyamirije ibwirizwa ryawe!", bakongera bati: "Twumvirize ntukumve[1], uheze utwiteho utwumvirize tukwumvirize[2]", ivyo bakabivugana akarimi gasosa mu ntumbero yo gusabira Intumwa nabi, no gutyoza idini ry'ubwislamu. Iyo bapfuma bavuga bati: "Twumvise kandi twakwumviye, twumvirize rero unadutumbere kugira tugutahure gusumba", vyari kuba vyiza cane kurusha kuri bo, ryari kuba n'ijambo ritunganye cane, ariko rero Imana Allah Yarabavumye kubera igarariza ryabo ryo kutumvira Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), burya ntibemera vy'ukuri kiretse gake cane ata co kazobungura.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلْكِتَٰبَ ءَامِنُواْ بِمَا نَزَّلْنَا مُصَدِّقًا لِّمَا مَعَكُم مِّن قَبْلِ أَن نَّطْمِسَ وُجُوهًا فَنَرُدَّهَا عَلَىٰٓ أَدْبَارِهَآ أَوْ نَلْعَنَهُمْ كَمَا لَعَنَّآ أَصْحَٰبَ ٱلسَّبْتِ ۚ وَكَانَ أَمْرُ ٱللَّهِ مَفْعُولًا ﴿٤٧﴾

47. Emwe bahawe Igitabu! Enda nimwemere ivyo Twamanuye muri Qor'ani bishimangira ivyo mufise mu Bitabu mwahawe, imbere yuko Tubahanira ivyo mwakoze, maze Tukabakebanya imitwe ikaraba mu mugongo, canke Tukabavuma, Tukababahindura ingurube nk'uko Twavumye benisabato, Twababujije kuroba kw'isabato ntibavyubahiriza. Ingingo y'Imana Allah yo kubahana yahavuye ishirwa mu ngiro, baravumwa.

إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَغْفِرُ أَن يُشْرَكَ بِهِۦ وَيَغْفِرُ مَا دُونَ ذَٰلِكَ لِمَن يَشَآءُ ۚ وَمَن يُشْرِكْ بِٱللَّهِ فَقَدِ ٱفْتَرَىٰٓ إِثْمًا عَظِيمًا ﴿٤٨﴾

48. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntigumiriza akabanga ngo Ibabarire icaha co kuyibangikanya n'ikintu na kimwe mu biremwa, canke kuyigarariza mu buryo ubwo ari bwo bwose buciye kubiri n'ukwemera, mu gihe uwagikoze yopfa atarigaya. Imana Allah Igumiriza akabanga, Ikababarira ibindi vyaha n'ibicumuro bitari ivyo ku wo

[1] Bashaka kuvuga bati: "Urakaziba amatwi, ntukumve".
[2] Iryo jambo, ni igitutsi mu mvugo y'abayahudi.

Ishatse mu biremwa. Uwo wese rero abangikanije Imana Allah n'ikindi kintu, aba yadukanye icaha rutura koko.

49. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye inkuru y'abiyeza ku bandi bakishimira ibikorwa vyabo ko ari bo ntore! Ahubwo burya Imana Allah Yonyene ni Yo Yeza Igashima ibikorwa vy'uwo Ishatse mu biremwa, kira noneho ntibazorenganywa na gato ku co bakoze, n'aho coba akantu ide kangana n'akanyuzi kari ku nda y'urutete rw'itende.

أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ يُزَكُّونَ أَنفُسَهُمْۚ بَلِ ٱللَّهُ يُزَكِّى مَن يَشَآءُ وَلَا يُظْلَمُونَ فَتِيلًا ﴿٤٩﴾

50. Ntumwa y'Imana! Ehe raba maze utangazwe n'ukuntu bubahuka bakarementaniriza Imana Allah mu buryo butubahiriza icubahiro cayo! Iryo rementanya rero, rirakwiye kuba ikinyoma n'icaha kigaragara.

ٱنظُرْ كَيْفَ يَفْتَرُونَ عَلَى ٱللَّهِ ٱلْكَذِبَۖ وَكَفَىٰ بِهِۦٓ إِثْمًا مُّبِينًا ﴿٥٠﴾

51. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye inkuru y'abayahudi bahawe ubumenyi bw'ibiri mu Gitabu ca Tawurati, bemera ibintazi n'ibigirwamana vyo mu bwoko bwose mu mashetani akomoka mu majini no mu bantu [1], bagashimishwa n'isengwa ryavyo mu gishingo c'Imana Allah, ivyo bigatuma bisunga amateka adakomoka ku Mana Allah, bagaheza bakabwira abagararije Imana Allah n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bati: "Aba bagarariji, ni bo bagororotsi bakurikiye inzira irashe kuruta iy'abo bemeye Imana Allah"!

أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ أُوتُواْ نَصِيبًا مِّنَ ٱلْكِتَٰبِ يُؤْمِنُونَ بِٱلْجِبْتِ وَٱلطَّٰغُوتِ وَيَقُولُونَ لِلَّذِينَ كَفَرُواْ هَٰٓؤُلَآءِ أَهْدَىٰ مِنَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ سَبِيلًا ﴿٥١﴾

52. Abo bavuga ukwo, ni bo rero bavumwe n'Imana Allah, burya uwuvumwe n'Imana Allah, ntuzokwigera umuronkera umutabazi amukingira ibihano vy'Imana Allah.

أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ لَعَنَهُمُ ٱللَّهُۖ وَمَن يَلْعَنِ ٱللَّهُ فَلَن تَجِدَ لَهُۥ نَصِيرًا ﴿٥٢﴾

53. Ahubwo none, burya boba bafise umugabane w'ubwami bahawe! Abari aho, iyo bahabwa umugabane w'ubwami, ntibari kugira n'umwe mu bantu baha akantu ide kangana n'agahere kari ku mugongo w'urutete rw'itende [2].

أَمْ لَهُمْ نَصِيبٌ مِّنَ ٱلْمُلْكِ فَإِذًا لَّا يُؤْتُونَ ٱلنَّاسَ نَقِيرًا ﴿٥٣﴾

54. Ahubwo none, burya boba basharika Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku nema y'ubutumwa yahawe n'Imana Allah, bagasharika n'ingendanyi zayo ku nema yo gushobozwa kwemera Imana Allah n'Intumwa yayo, no gutsimbatazwa kw'isi, gutyo bigatuma babipfuriza guhuba! Ni ukuri Twebwe Allah Twarahaye uruvyaro rw'Intumwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Ibitabu n'izindi

أَمْ يَحْسُدُونَ ٱلنَّاسَ عَلَىٰ مَآ ءَاتَىٰهُمُ ٱللَّهُ مِن فَضْلِهِۦۖ فَقَدْ ءَاتَيْنَآ ءَالَ إِبْرَٰهِيمَ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحِكْمَةَ وَءَاتَيْنَٰهُم مُّلْكًا عَظِيمًا ﴿٥٤﴾

[1] Ibigirwamana vyo mu bwoko bwose "TWAAGHUUT", ni ikiremwa ico ari co cose gisengwa mu gishingo c'Imana Allah, gishimishwa n'iryo sengwa.
[2] Kangana n'urutete rw'ururo.

nyigisho zitanditswe, Twaranaruhaye hamwe n'ivyo, ubwami buhambaye.

فَمِنْهُم مَّنْ ءَامَنَ بِهِۦ وَمِنْهُم مَّن صَدَّ عَنْهُۚ وَكَفَىٰ بِجَهَنَّمَ سَعِيرًا ﴿٥٥﴾

55. Mu bayahudi rero, harimwo abemeye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) baranakurikiza amabwirizwa y'ubwislamu, hakabamwo rero n'abandi bayirengagije ntibayemera, baranaburagiza abantu kuyikurikira. Barakwiye rero guhanishwa umuriro ururumba wa Jahannamu.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِـَٔايَٰتِنَا سَوْفَ نُصْلِيهِمْ نَارًا كُلَّمَا نَضِجَتْ جُلُودُهُم بَدَّلْنَٰهُمْ جُلُودًا غَيْرَهَا لِيَذُوقُواْ ٱلْعَذَابَۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَزِيزًا حَكِيمًا ﴿٥٦﴾

56. Mu vy'ukuri, abagararije bagahakana bivuye inyuma Aayah Twamanuye mu Gitabu hamwe n'ivyemezo vyacu, Tuzobinjiza mu muriro maze bawote, uko uruhu (irukoba) rw'imibiri yabo ruhiye rugashishuka, ni ko Tuzobaremera urundi ruhu, kugira babandanye guhonja ibihano ku bindi. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ سَنُدْخِلُهُمْ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدًاۖ لَّهُمْ فِيهَآ أَزْوَٰجٌ مُّطَهَّرَةٌۖ وَنُدْخِلُهُمْ ظِلًّا ظَلِيلًا ﴿٥٧﴾

57. Nayo abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe, Tuzobinjiza mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'inyubakwa n'ibiti vyaho hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera, mu nema zamaho. Bazoba banafiseyo abakenyezi basukuye batagira akanenge, Tuzonabugamika mu gatutu gapfutse katigera karenga.

۞إِنَّ ٱللَّهَ يَأْمُرُكُمْ أَن تُؤَدُّواْ ٱلْأَمَٰنَٰتِ إِلَىٰٓ أَهْلِهَا وَإِذَا حَكَمْتُم بَيْنَ ٱلنَّاسِ أَن تَحْكُمُواْ بِٱلْعَدْلِۚ إِنَّ ٱللَّهَ نِعِمَّا يَعِظُكُم بِهِۦٓۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ سَمِيعًۢا بَصِيرًا ﴿٥٨﴾

58. Mu vy'ukuri, Imana Allah Ibategeka kubungabunga imbitso z'ubwoko bwose mukazisubiza bene zo nk'uko mwazibikijwe, Ikanabategeka gutunganiriza abantu ata nkunzi mu gihe mubaciriye urubanza. Mu vy'ukuri, ni vyiza cane ivyo Imana Allah Ibahanura. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenukubona, Irabona ivyo mukora.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَأَطِيعُواْ ٱلرَّسُولَ وَأُوْلِى ٱلْأَمْرِ مِنكُمْۖ فَإِن تَنَٰزَعْتُمْ فِى شَىْءٍ فَرُدُّوهُ إِلَى ٱللَّهِ وَٱلرَّسُولِ إِن كُنتُمْ تُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِۚ ذَٰلِكَ خَيْرٌ وَأَحْسَنُ تَأْوِيلًا ﴿٥٩﴾

59. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwumvire Imana Allah ntimukagabitanye, mwumvire n'Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu vyo ibashikirije, muheze mwumvire n'indongozi muri mwebwe mu bidaciye kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah. Nimwahazana ku ngingo y'ikintu ico ari co cose, muraca mugaruka ku ngingo iri mu Gitabu c'Imana Allah n'inyigisho z'intumwa nimwaba mwemera vy'ukuri Imana Allah n'umusi w'iherezo. Ivyo, ni vyo vyiza cane kuri mwebwe ha guhazana, ni na yo ngingo ibereye ha kwisunga ivyiyumviro vyanyu mu gufata ingingo.

أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ يَزْعُمُونَ أَنَّهُمْ ءَامَنُواْ بِمَآ أُنزِلَ إِلَيْكَ وَمَآ أُنزِلَ مِن قَبْلِكَ يُرِيدُونَ

60. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye inkuru y'indyarya zibwira ko zemeye ivyo wamanuriwe muri Qor'ani n'ivyamanuriwe Intumwa zo hambere yawe, zigashaka guca imanza zisunze ingingo zishingiye ku

bintazi n'ikinyoma, kandi zaramaze gutegekwa kubigarariza, shetani na yo igashaka kuzihubisha uguhuba kuri kure cane y'ukuri[1];

أَن يَتَحَاكَمُوٓاْ إِلَى ٱلطَّٰغُوتِ وَقَدۡ أُمِرُوٓاْ أَن يَكۡفُرُواْ بِهِۦ وَيُرِيدُ ٱلشَّيۡطَٰنُ أَن يُضِلَّهُمۡ ضَلَٰلَۢا بَعِيدًا ٦٠

61. Iyo zihanuwe ziti: "Nimuze mwubahirize ivyamanuwe n'Imana Allah, muheze mukurikire Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)", ubona zikwirengagije nya kwirengagiza;

وَإِذَا قِيلَ لَهُمۡ تَعَالَوۡاْ إِلَىٰ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ وَإِلَى ٱلرَّسُولِ رَأَيۡتَ ٱلۡمُنَٰفِقِينَ يَصُدُّونَ عَنكَ صُدُودٗا ٦١

62. Mbega none bizozigendera gute igihe zashikiwe n'ikiza gitewe n'ivyo zakoze ubwazo nyene, hanyuma zikaza kukwisigurako zirahira kw'izina ry'Imana Allah, ziti: "Nta co twashaka gushikako mu vyo twagize, kiretse ubugwaneza no kunywanisha abatase",

فَكَيۡفَ إِذَآ أَصَٰبَتۡهُم مُّصِيبَةُۢ بِمَا قَدَّمَتۡ أَيۡدِيهِمۡ ثُمَّ جَآءُوكَ يَحۡلِفُونَ بِٱللَّهِ إِنۡ أَرَدۡنَآ إِلَّآ إِحۡسَٰنٗا وَتَوۡفِيقًا ٦٢

63. Izo ndyarya, Imana Allah Irazi neza ukuri kw'ibiri mu mishaha yazo mu buryarya. Ntumwa y'Imana! Uraheza rero uzirengagize, maze uziburire ku ngaruka mbi z'ivyo zikora, wongere uzibwire ijambo ry'inkoramutima ryo kuzihaniza.

أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ يَعۡلَمُ ٱللَّهُ مَا فِي قُلُوبِهِمۡ فَأَعۡرِضۡ عَنۡهُمۡ وَعِظۡهُمۡ وَقُل لَّهُمۡ فِيٓ أَنفُسِهِمۡ قَوۡلَۢا بَلِيغٗا ٦٣

64. Nta Ntumwa n'imwe Twarungitse atari ukugira ngo yumvirwe ku bubasha n'ubutungane bw'Imana Allah. Ntumwa y'Imana! Iyo rero abirenganije mu gukora ivyaha baza bakugana - ukiriho - kugira bigaye, baheze basabe Imana Allah imbabazi ku vyaha vyabo, maze Intumwa na yo ibasabire imbabazi ku Mana Allah, bari gusanga Imana Allah ari Nyenukwumvirabigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَمَآ أَرۡسَلۡنَا مِن رَّسُولٍ إِلَّا لِيُطَاعَ بِإِذۡنِ ٱللَّهِۚ وَلَوۡ أَنَّهُمۡ إِذ ظَّلَمُوٓاْ أَنفُسَهُمۡ جَآءُوكَ فَٱسۡتَغۡفَرُواْ ٱللَّهَ وَٱسۡتَغۡفَرَ لَهُمُ ٱلرَّسُولُ لَوَجَدُواْ ٱللَّهَ تَوَّابٗا رَّحِيمٗا ٦٤

65. Ihibambewe! Ndarahiye kw'Izina ry'Imana yawe Rurema Allah, ko bataremera vy'ukuri, batabanje kukugira umucamanza mu matati yaduka hagati yabo, hanyuma ntibasigarane akangononongono mu mitima yabo ku ngingo washikirije, baheze bayemere nk'uko wayishikirije ata guhigimanga[2].

فَلَا وَرَبِّكَ لَا يُؤۡمِنُونَ حَتَّىٰ يُحَكِّمُوكَ فِيمَا شَجَرَ بَيۡنَهُمۡ ثُمَّ لَا يَجِدُواْ فِيٓ أَنفُسِهِمۡ حَرَجٗا مِّمَّا قَضَيۡتَ وَيُسَلِّمُواْ تَسۡلِيمٗا ٦٥

66. Iyo rero Tuja gutegeka izo ndyarya zisunga ingingo zishingiye ku bintazi n'ikinyoma, Duti: "Nimwicane hagati yanyu, canke musohoke mu zanyu mwimuke", ntizari kuvyubahiriza kiretse abari ku rushi muri zo. Iyo zubahiriza ivyo zihanurwa, vyari kuzigirira akamaro cane, ni ukuri vyari no gutsimbataza ukwemera kwazo;

وَلَوۡ أَنَّا كَتَبۡنَا عَلَيۡهِمۡ أَنِ ٱقۡتُلُوٓاْ أَنفُسَكُمۡ أَوِ ٱخۡرُجُواْ مِن دِيَٰرِكُم مَّا فَعَلُوهُ إِلَّا قَلِيلٞ مِّنۡهُمۡۖ وَلَوۡ أَنَّهُمۡ فَعَلُواْ مَا يُوعَظُونَ بِهِۦ لَكَانَ خَيۡرٗا لَّهُمۡ وَأَشَدَّ تَثۡبِيتٗا ٦٦

---

[1] Iyi Aayah, irerekana ko ukwemera nya kwemera gutuma umuntu yubahiriza ingingo y'Imana Allah, akayisunga mu gutunganiriza abantu muri vyose. Uwo wese rero, yibwira ko yemera vy'ukuri, hanyuma agahitamwo kwubahiriza ingingo y'ibintazi n'ikinyoma, aba ari indyarya mu kwemera kwiwe.

[2] Burya ukwubahiriza no gukurikiza ingingo zisunga Qor'ani n'inyigisho z'intumwa muri vyose bijanye n'ubuzima, ni mu bigize umushinge wo kwemera.

67. Ni ukuri, muri ico gihe Twari no kuziha mu buzima bwo kw'isi n'ubw'inyuma yo gupfa, indishi zihambaye zivuye iwacu Twebwe Allah;

وَإِذًا لَّآتَيْنَٰهُم مِّن لَّدُنَّآ أَجْرًا عَظِيمًا ﴿٦٧﴾

68. Ni ukuri, Twari no kuzirongora mu nzira igororotse, Tukazishoboza kuyikurikira.

وَلَهَدَيْنَٰهُمْ صِرَٰطًا مُّسْتَقِيمًا ﴿٦٨﴾

69. Uwo wese rero yumviye Imana Allah, akubahiriza amabwirizwa yayo n'inyigisho z'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), azoba ari mu bantu bubashwe ku Mana Allah, bari kumwe n'abo Imana Allah Yahaye inema y'Ubwami bw'ijuru mu Bavugishwamana, imvugakuri, abapfiriye Imana Allah hamwe rero n'aberanda mu bemeramana, ni na bo beza mu bagenzi bo mu Bwami bw'ijuru;

وَمَن يُطِعِ ٱللَّهَ وَٱلرَّسُولَ فَأُوْلَٰٓئِكَ مَعَ ٱلَّذِينَ أَنْعَمَ ٱللَّهُ عَلَيْهِم مِّنَ ٱلنَّبِيِّـۧنَ وَٱلصِّدِّيقِينَ وَٱلشُّهَدَآءِ وَٱلصَّٰلِحِينَ ۚ وَحَسُنَ أُوْلَٰٓئِكَ رَفِيقًا ﴿٦٩﴾

70. Iyo ni yo ngabirano ihambaye ivuye ku Mana Allah. Burya Imana Allah Irakwiye kuba Izi neza ibikorwa vy'ibiremwa n'indishi ikwiye umwe wese muri vyo.

ذَٰلِكَ ٱلْفَضْلُ مِنَ ٱللَّهِ ۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ عَلِيمًا ﴿٧٠﴾

71. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo! Nimwiyubare umwansi wanyu mu kumwitegurira bikwiye, muheze muje kumurwanya muri mu migwimigwi canke muri hamwe mwese;

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ خُذُواْ حِذْرَكُمْ فَٱنفِرُواْ ثُبَاتٍ أَوِ ٱنفِرُواْ جَمِيعًا ﴿٧١﴾

72. Ni ukuri, muri mwebwe harimwo uwunebwa mu kutava hasi ngo aje kurwanya umwansi, akanaburagiza n'abandi kujayo. Iyo bishitse mukicwa canke mukaneshwa, araheza akavuga yiruhutsa n'umunezero n'akantu ati: "Ashii! Ni ukuri, Imana Allah Yarankingiye kuba ntari kumwe na bo ku rugamba";

وَإِنَّ مِنكُمْ لَمَن لَّيُبَطِّئَنَّ فَإِنْ أَصَٰبَتْكُم مُّصِيبَةٌ قَالَ قَدْ أَنْعَمَ ٱللَّهُ عَلَىَّ إِذْ لَمْ أَكُن مَّعَهُمْ شَهِيدًا ﴿٧٢﴾

73. Iyo naho muronse impano zivuye ku Mana Allah, mugatsinda mukanaronka iminyago, ni ukuri ashoka avuga yicuza n'ishari n'akantu nk'aho ata rukundo rwari ruri hagati yanyu na we, ati: "Ewe jewe wanje! Ese iyo nja kuba ndi kumwe na bo ku rugamba, ngaheza nkarusimba, maze nkanaronka no ku minyago".

وَلَئِنْ أَصَٰبَكُمْ فَضْلٌ مِّنَ ٱللَّهِ لَيَقُولَنَّ كَأَن لَّمْ تَكُنۢ بَيْنَكُمْ وَبَيْنَهُۥ مَوَدَّةٌ يَٰلَيْتَنِى كُنتُ مَعَهُمْ فَأَفُوزَ فَوْزًا عَظِيمًا ﴿٧٣﴾

74. Abiguze ubuzima bw'inyuma yo gupfa ha guhurumbira ubwo kw'isi, nibaharanire nyabuna idini ry'Imana Allah. Uwo wese rero aharaniye idini ry'Imana Allah azirikana indishi kuri Yo, maze akicwa canke agatsinda, Tuzoheza Tumuhe indishi ihambaye.

۞ فَلْيُقَٰتِلْ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ ٱلَّذِينَ يَشْرُونَ ٱلْحَيَوٰةَ ٱلدُّنْيَا بِٱلْءَاخِرَةِ ۚ وَمَن يُقَٰتِلْ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ فَيُقْتَلْ أَوْ يَغْلِبْ فَسَوْفَ نُؤْتِيهِ أَجْرًا عَظِيمًا ﴿٧٤﴾

75. Bemeramana! Mbega mubuzwa n'iki guharanira idini ry'Imana Allah, no gutabara abacinyizwa ku karenganyo badashoboye kwirwanako, mu bagabo, abakenyezi n'abana, batakambira Imana Allah bati: "Mana yacu Rurema Allah! Dukure muri iki gisagara c'i Makka, bene co barangwa n'akarenganyo ko kugarariza no kubangamira abemeramana, maze Uduhe umuhagarikizi avuye iwawe

وَمَا لَكُمْ لَا تُقَٰتِلُونَ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ وَٱلْمُسْتَضْعَفِينَ مِنَ ٱلرِّجَالِ وَٱلنِّسَآءِ وَٱلْوِلْدَٰنِ ٱلَّذِينَ يَقُولُونَ رَبَّنَآ أَخْرِجْنَا مِنْ

adutunganirize ivyacu, Uduhe n'umutabazi avuye iwawe aturenganure".

هَٰذِهِ ٱلْقَرْيَةِ ٱلظَّالِمِ أَهْلُهَا وَٱجْعَل لَّنَا مِن لَّدُنكَ وَلِيًّا وَٱجْعَل لَّنَا مِن لَّدُنكَ نَصِيرًا ﴿٧٥﴾

76. Abemeye Imana Allah vy'ukuri, baharanira idini ry'Imana Allah mu gushimangira ukuri. Nayo abagararije Imana Allah, baharanira ibintazi n'ikinyoma mu ntumbero yo gukwiragiza ubwononyi kw'isi. Kubera ivyo rero ga bemeramana! Nimurwanye abahagarikizi ba shetani mu bagarariji n'ababangikanyamana, mu vy'ukuri, ugukoresha urwenge kwa shetani mu gukwiragiza ubwononyi bw'abahagarikizi bayo, ntikurama.

ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ يُقَٰتِلُونَ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ ۖ وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ يُقَٰتِلُونَ فِى سَبِيلِ ٱلطَّٰغُوتِ فَقَٰتِلُوٓاْ أَوْلِيَآءَ ٱلشَّيْطَٰنِ ۖ إِنَّ كَيْدَ ٱلشَّيْطَٰنِ كَانَ ضَعِيفًا ﴿٧٦﴾

77. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye inkuru y'ababwiwe imbere yo gutegekwa guhangana ku rugamba, bati: "Nimusubize inkota mu rwubati, mureke kurwanya ababangikanyamana, maze mutsimbataze amasengesho munatange n'ishikanwa-bwirizwa". Aho bategekewe guhangana ku rugamba, haciye hibonekeza umugwi muri bo, utinya abantu nka kurya utinya Imana Allah canke gusumba uko uyitinya, uranavuga n'ishavu n'akantu uti: "Mana yacu Rurema Allah! Ni kuki Wadutegetse guhangana ku rugamba, ntiwari gupfuma Utenyenya gato, tukaba turaryoherwa n'ivy'isi!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Ukuryoherwa n'ivy'isi, ni umwanya muto, nayo ubuzima bw'inyuma yo gupfa, ni bwo burimwo ivyiza bihambaye ku wutinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, kandi rero ntimuzorenganywa na gato ku co mwakoze, n'aho coba kingana n'akanyuzi kari ku nda y'urutete rw'itende";

أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ قِيلَ لَهُمْ كُفُّوٓاْ أَيْدِيَكُمْ وَأَقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتُواْ ٱلزَّكَوٰةَ فَلَمَّا كُتِبَ عَلَيْهِمُ ٱلْقِتَالُ إِذَا فَرِيقٌ مِّنْهُمْ يَخْشَوْنَ ٱلنَّاسَ كَخَشْيَةِ ٱللَّهِ أَوْ أَشَدَّ خَشْيَةً ۚ وَقَالُواْ رَبَّنَا لِمَ كَتَبْتَ عَلَيْنَا ٱلْقِتَالَ لَوْلَآ أَخَّرْتَنَآ إِلَىٰٓ أَجَلٍ قَرِيبٍ ۗ قُلْ مَتَٰعُ ٱلدُّنْيَا قَلِيلٌ وَٱلْءَاخِرَةُ خَيْرٌ لِّمَنِ ٱتَّقَىٰ وَلَا تُظْلَمُونَ فَتِيلًا ﴿٧٧﴾

78. Aho muzoba muri hose rero, nta kibuza ko hageze gupfa, urupfu ruzobashikira mugapfa, n'aho muzoba muri mu nyubakwa-ntamenwa ziri kure y'ahabera urugamba. Iyo baronse ivyiza baremanga ko berewe bati: "Ibi bivuye ku Mana Allah". Ntumwa y'Imana! Iyo naho bashikiwe n'ivyago baca bagutako umwikomo n'ishavu n'akantu bati: "Ibi biturutse kuri wewe". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Ivyiza n'ivyago, vyose bituruka kw'ishirwa mu ngiro ry'ivyagezwe n'Imana Allah". Ntumwa y'Imana! Mbega abo bantu bafashwe n'iki ko batarota batahura ivyo ubabwira!

أَيْنَمَا تَكُونُواْ يُدْرِككُّمُ ٱلْمَوْتُ وَلَوْ كُنتُمْ فِى بُرُوجٍ مُّشَيَّدَةٍ ۗ وَإِن تُصِبْهُمْ حَسَنَةٌ يَقُولُواْ هَٰذِهِۦ مِنْ عِندِ ٱللَّهِ ۖ وَإِن تُصِبْهُمْ سَيِّئَةٌ يَقُولُواْ هَٰذِهِۦ مِنْ عِندِكَ ۚ قُلْ كُلٌّ مِّنْ عِندِ ٱللَّهِ ۖ فَمَالِ هَٰٓؤُلَآءِ ٱلْقَوْمِ لَا يَكَادُونَ يَفْقَهُونَ حَدِيثًا ﴿٧٨﴾

79. Muntu! Ivyiza ivyo ari vyo vyose uronse, biba bivuye ku Mana Allah. Ivyago na vyo bigushikiye, biba biturutse ku ngaruka y'ibikorwa vyawe bibi. Ntumwa y'Imana! Twakurungitse rero kugira ube Intumwa ku bantu bose,

مَّآ أَصَابَكَ مِنْ حَسَنَةٍ فَمِنَ ٱللَّهِ ۖ وَمَآ أَصَابَكَ مِن سَيِّئَةٍ فَمِن نَّفْسِكَ ۚ

kandi rero burya Imana Allah Irakwiye kuba ari Yo Cabonakurivyose Yemeza ko washikirije vy'ukuri ubutumwa.

وَأَرۡسَلۡنَٰكَ لِلنَّاسِ رَسُولٗاۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ شَهِيدٗا ٧٩

80. Uwo wese yumviye Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) agakurikiza n'inyigisho zayo, ni ukuri aba yumviye Imana Allah, yubahirije n'amabwirizwa yayo. Nayo uwirengagije kwumvira Imana Allah n'Intumwa yayo, namenye ko wewe Tutakurungitse kugenzura no kubungabunga ibikorwa vy'abirengagiza ngo ubibahanire;

مَّن يُطِعِ ٱلرَّسُولَ فَقَدۡ أَطَاعَ ٱللَّهَۖ وَمَن تَوَلَّىٰ فَمَآ أَرۡسَلۡنَٰكَ عَلَيۡهِمۡ حَفِيظٗا ٨٠

81. Ntumwa y'Imana! Abirengagiza ukuri iyo bari kumwe na we, bavuga mu bwiyorobetsi bati: "Turumvira Intumwa tukubahiriza n'inyigisho zayo"; mwamara kuvana, umugwi muri bo ukarara urategura imigambi mibi ihushanye n'ivyo bavuga, ntibamenye ko burya Imana Allah Yandika imigambi mibi yose bategura, Ikazonayibahanira. Ntumwa y'Imana! Birengagize uheze wishimikize Imana Allah, uyizere, burya Imana Allah Irakwiye kuba ari Yo Muhagarikizi wawe, Agukingira imigambi yabo mibi;

وَيَقُولُونَ طَاعَةٞ فَإِذَا بَرَزُواْ مِنۡ عِندِكَ بَيَّتَ طَآئِفَةٞ مِّنۡهُمۡ غَيۡرَ ٱلَّذِي تَقُولُۖ وَٱللَّهُ يَكۡتُبُ مَا يُبَيِّتُونَۖ فَأَعۡرِضۡ عَنۡهُمۡ وَتَوَكَّلۡ عَلَى ٱللَّهِۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ وَكِيلٗا ٨١

82. Mbega none abirengagiza kwumvira Imana Allah n'Intumwa yayo, ntibotegera Qor'ani ngo banyurwe n'ivyemezo vyayo vyerekana ko yavuye ku Mana Allah! Iyo Qor'ani iza kuba yavuye ahatari ku Mana Allah, ni ukuri bari kuyisangamwo amahinyu n'ibihushane vyinshi;

أَفَلَا يَتَدَبَّرُونَ ٱلۡقُرۡءَانَۚ وَلَوۡ كَانَ مِنۡ عِندِ غَيۡرِ ٱللَّهِ لَوَجَدُواْ فِيهِ ٱخۡتِلَٰفٗا كَثِيرٗا ٨٢

83. Iyo bashikiriwe n'inkuru yerekeye umutekano, yategerezwa kuguma mw'ibanga ku neza y'ubwislamu, canke yerekeye ihungabana ry'imitima riturutse ku bwoba, baca bayikwiragiza mu bantu. Iyo babanza gushikana nya nkuru ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) no ku ndongozi mu ncabwenge muri bo, abasesanguzi muri bo bari kumenya ukuri kw'iyo nkuru. Bemeramana! Iyo rero mutagira impano n'impuhwe bivuye ku Mana Allah, mwari gukurikira inzira n'inyoshambi za shetani kiretse bake muri mwebwe.

وَإِذَا جَآءَهُمۡ أَمۡرٞ مِّنَ ٱلۡأَمۡنِ أَوِ ٱلۡخَوۡفِ أَذَاعُواْ بِهِۦۖ وَلَوۡ رَدُّوهُ إِلَى ٱلرَّسُولِ وَإِلَىٰٓ أُوْلِي ٱلۡأَمۡرِ مِنۡهُمۡ لَعَلِمَهُ ٱلَّذِينَ يَسۡتَنۢبِطُونَهُۥ مِنۡهُمۡۗ وَلَوۡلَا فَضۡلُ ٱللَّهِ عَلَيۡكُمۡ وَرَحۡمَتُهُۥ لَٱتَّبَعۡتُمُ ٱلشَّيۡطَٰنَ إِلَّا قَلِيلٗا ٨٣

84. Muvugishwamana! Rwanira rero idini ry'Imana Allah n'aho vyoshika ugasigara uri wenyene, ntuzobazwa kiretse ku vyo wakoze ku gatwe kawe. Uraheza kandi uhimirize n'abemeramana guharanira idini ry'Imana Allah, kumbure Imana Allah Izohagarika ukwiganza kw'abagarariji. Burya Imana Allah Irahambaye mu guhana kwayo, Irahana Igahasha.

فَقَٰتِلۡ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ لَا تُكَلَّفُ إِلَّا نَفۡسَكَۚ وَحَرِّضِ ٱلۡمُؤۡمِنِينَۖ عَسَى ٱللَّهُ أَن يَكُفَّ بَأۡسَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْۚ وَٱللَّهُ أَشَدُّ بَأۡسٗا وَأَشَدُّ تَنكِيلٗا ٨٤

85. Uwo wese avugiye uwundi ku ciza kimwungura, aronka indishi nziza kuri iryo vugira ryiwe. Nayo uwuvugiye uwundi ku kibi gitera ingaruka mbi, na we nyene yandikirwa ivyaha kuri iryo vugira ryiwe.

مَّن يَشۡفَعۡ شَفَٰعَةً حَسَنَةٗ يَكُن لَّهُۥ نَصِيبٞ مِّنۡهَاۖ وَمَن يَشۡفَعۡ شَفَٰعَةٗ سَيِّئَةٗ

Burya Imana Allah Yamye ari Yo Mugabuzi Ibeshaho abaja bayo, Mubungabunzi w'ibikorwa vyabo.

يَكُن لَّهُۥ كِفۡلٞ مِّنۡهَاۖ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ مُّقِيتًا ٨٥

86. Bemeramana! Nimwaramutswa n'umwislamu indamutso y'amahoro, murayishurana akamwemwe n'indamutso nziza kurusha, canke muyisubize nk'uko mwaramukijwe, kimwe cose muri ivyo kirafise indishi yaco. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Yo Mureretsi Iharurira Igahembera abaja bayo ivyo bakoze.

وَإِذَا حُيِّيتُم بِتَحِيَّةٖ فَحَيُّواْ بِأَحۡسَنَ مِنۡهَآ أَوۡ رُدُّوهَآۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٍ حَسِيبًا ٨٦

87. Allah, ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, ni ukuri Izobegeraniriza hamwe ku musi w'izuka ata amakenga ko utegerezwa gushika, kugira Ibaharurire Inabahembere ivyo mwakoze. Nta n'umwe yoba imvugakuri gusumba Imana Allah mu vyo Yashikirije.

ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَۚ لَيَجۡمَعَنَّكُمۡ إِلَىٰ يَوۡمِ ٱلۡقِيَٰمَةِ لَا رَيۡبَ فِيهِۗ وَمَنۡ أَصۡدَقُ مِنَ ٱللَّهِ حَدِيثٗا ٨٧

88. Bemeremana! Mbega mwafashwe n'iki ku kwicamwo imigwi ibiri ku vyerekeye indyarya, umugwi ushigikiye ko zirwanywa n'uwundi utabishigikiye, mu gihe Imana Allah Yamaze kuzikurako amaboko mu buhuvyi zirimwo bitewe n'ibikorwa vyazo bibi! Mbega none mushaka kurongora abo Imana Allah Yakuyeko amaboko bagahuba! Burya uwugabitaniye Imana Allah, maze Ikamukurako amaboko mu buhuvyi arimwo, ntuzokwigera umuronkera inzira imurongora mu kuri.

۞فَمَا لَكُمۡ فِي ٱلۡمُنَٰفِقِينَ فِئَتَيۡنِ وَٱللَّهُ أَرۡكَسَهُم بِمَا كَسَبُوٓاْۚ أَتُرِيدُونَ أَن تَهۡدُواْ مَنۡ أَضَلَّ ٱللَّهُۖ وَمَن يُضۡلِلِ ٱللَّهُ فَلَن تَجِدَ لَهُۥ سَبِيلٗا ٨٨

89. Bemeramana! Indyarya zarabipfurije ko mwogarariza mu bwiyorobetsi mukaba nkazo. Ntimukagire muri zo rero abagenzi somambike mucuditse, gushika zibanze zimuke ku bw'Imana Allah mu kwerekana ko zemera vy'ukuri. Nizagenza umugongo ntizimuke, muraheza muzifate aho ziri hose muzice, kandi ntimuzohirahire ngo mugire n'imwe muri zo umuhagarikizi canke umutabazi wanyu;

وَدُّواْ لَوۡ تَكۡفُرُونَ كَمَا كَفَرُواْ فَتَكُونُونَ سَوَآءٗۖ فَلَا تَتَّخِذُواْ مِنۡهُمۡ أَوۡلِيَآءَ حَتَّىٰ يُهَاجِرُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِۚ فَإِن تَوَلَّوۡاْ فَخُذُوهُمۡ وَٱقۡتُلُوهُمۡ حَيۡثُ وَجَدتُّمُوهُمۡۖ وَلَا تَتَّخِذُواْ مِنۡهُمۡ وَلِيّٗا وَلَا نَصِيرًا ٨٩

90. Ariko rero, abantu bafitaniye imigenderanire na zo musanzwe mufitaniye amasezerano yo kudasotorana, canke abanse kubarwanya mwebwe canke kurwanya benewabo, bagashoka baza babagana batagira aho begamiye, abo ntimuzobarwanye. Iyo rero Imana Allah Ishaka, ni ukuri Yari kubagerageza mu kubagomora mu ndwano, maze bakabarwanya bafadikanije n'abansi banyu mu babangikanyamana, ariko rero ntiyabigize ku mpuhwe zayo. Nibaramuka baretse kubarwanya rero bakaza bishikanye, aho nta burenganzira Imana Allah Yabahaye bwo kubarwanya.

إِلَّا ٱلَّذِينَ يَصِلُونَ إِلَىٰ قَوۡمِۭ بَيۡنَكُمۡ وَبَيۡنَهُم مِّيثَٰقٌ أَوۡ جَآءُوكُمۡ حَصِرَتۡ صُدُورُهُمۡ أَن يُقَٰتِلُوكُمۡ أَوۡ يُقَٰتِلُواْ قَوۡمَهُمۡۚ وَلَوۡ شَآءَ ٱللَّهُ لَسَلَّطَهُمۡ عَلَيۡكُمۡ فَلَقَٰتَلُوكُمۡۚ فَإِنِ ٱعۡتَزَلُوكُمۡ فَلَمۡ يُقَٰتِلُوكُمۡ وَأَلۡقَوۡاْ إِلَيۡكُمُ ٱلسَّلَمَ فَمَا جَعَلَ ٱللَّهُ لَكُمۡ عَلَيۡهِمۡ سَبِيلٗا ٩٠

91. Muzohura n'uwundi mugwi mu ndyarya ushaka ko mwowuha amahoro, gutyo ubagaragarize ukwemera mu bwiyorobetsi, wongere ushake ko n'ababangikanyamana

سَتَجِدُونَ ءَاخَرِينَ يُرِيدُونَ أَن يَأۡمَنُوكُمۡ وَيَأۡمَنُواْ قَوۡمَهُمۡ كُلَّ مَا رُدُّوٓاْ إِلَى ٱلۡفِتۡنَةِ

أُرْكِسُوا۟ فِيهَا ۚ فَإِن لَّمْ يَعْتَزِلُوكُمْ وَيُلْقُوٓا۟ إِلَيْكُمُ ٱلسَّلَمَ وَيَكُفُّوٓا۟ أَيْدِيَهُمْ فَخُذُوهُمْ وَٱقْتُلُوهُمْ حَيْثُ ثَقِفْتُمُوهُمْ ۚ وَأُو۟لَٰٓئِكُمْ جَعَلْنَا لَكُمْ عَلَيْهِمْ سُلْطَٰنًا مُّبِينًا ﴿٩١﴾

bawuha amahoro, gutyo ubagaragarize ubugarariji; igihe cose rero uwo mugwi ushizwe mw'igeragezwa ry'ubugarariji, uzorirwamwo neza cane. Uwo mugwi w'indyarya rero, nutareka kubavogera ugatako ukishikana, ukanavavanura no kubarwanya, murawufata aho muzowusanga hose muwice. Uwo mugwi w'abantu barangwa n'ububi nk'ubwo rero, Twaramaze kubaha mwebwe icemezo kigaragara co kubarwanya no kubagira imbohe.

وَمَا كَانَ لِمُؤْمِنٍ أَن يَقْتُلَ مُؤْمِنًا إِلَّا خَطَـًٔا ۚ وَمَن قَتَلَ مُؤْمِنًا خَطَـًٔا فَتَحْرِيرُ رَقَبَةٍ مُّؤْمِنَةٍ وَدِيَةٌ مُّسَلَّمَةٌ إِلَىٰٓ أَهْلِهِۦٓ إِلَّآ أَن يَصَّدَّقُوا۟ ۚ فَإِن كَانَ مِن قَوْمٍ عَدُوٍّ لَّكُمْ وَهُوَ مُؤْمِنٌ فَتَحْرِيرُ رَقَبَةٍ مُّؤْمِنَةٍ ۖ وَإِن كَانَ مِن قَوْمٍۭ بَيْنَكُمْ وَبَيْنَهُم مِّيثَٰقٌ فَدِيَةٌ مُّسَلَّمَةٌ إِلَىٰٓ أَهْلِهِۦ وَتَحْرِيرُ رَقَبَةٍ مُّؤْمِنَةٍ ۖ فَمَن لَّمْ يَجِدْ فَصِيَامُ شَهْرَيْنِ مُتَتَابِعَيْنِ تَوْبَةً مِّنَ ٱللَّهِ ۗ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلِيمًا حَكِيمًا ﴿٩٢﴾

92. Nta ho vyakabaye ko umwemeramana yica uwundi mwemeramana atabifitiye uburenganzira, kiretse mu gihe bishitse akamwica ku mpanuka. Umwemeramana wese rero, yishe umwemeramana ku mpanuka, ahanishwa uguha ubwigenge umugurano w'umwemeramana hamwe no guha agashumbusho gategekanirijwe benewabo n'uwishwe, kiretse mu gihe bogaheba bakagatanga imperezwa. Haramutse hishwe ku mpanuka umuntu mu bansi banyu, yari umwemeramana, uwamwishe ahanishwa uguha ubwigenge umugurano w'umwemeramana. Haramutse hishwe umuntu mu bo musanzwe mufitaniye amasezerano yo kudasotorana, uwamwishe ahanishwa uguha agashumbusho gategekanirijwe benewabo, hamwe rero no guha ubwigenge umugurano w'umwemeramana; uwudashoboye guha ubwigenge umugurano w'umwemeramana, icuhagizo ciwe, ni ugupfunga amezi abiri akurikirana, kugira Imana Allah Imwakirire ukwigaya kwiwe. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Irazi ukuri ku vyakozwe n'ibiremwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَمَن يَقْتُلْ مُؤْمِنًا مُّتَعَمِّدًا فَجَزَآؤُهُۥ جَهَنَّمُ خَٰلِدًا فِيهَا وَغَضِبَ ٱللَّهُ عَلَيْهِ وَلَعَنَهُۥ وَأَعَدَّ لَهُۥ عَذَابًا عَظِيمًا ﴿٩٣﴾

93. Uwo wese rero yishe n'ibigira nkana umwemeramana ata kibimurekurira, azohanishwa umuriro wa Jahannamu awubemwo ibihe bidahera [1], ugushavurirwa n'Imana Allah, hamwe rero no kuvumwa akiri kw'isi, vyongeye Imana Allah Yaranamutegekanirije n'ibindi bihano bihambaye.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ إِذَا ضَرَبْتُمْ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ فَتَبَيَّنُوا۟ وَلَا تَقُولُوا۟ لِمَنْ أَلْقَىٰٓ إِلَيْكُمُ ٱلسَّلَٰمَ لَسْتَ مُؤْمِنًا تَبْتَغُونَ عَرَضَ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا فَعِندَ ٱللَّهِ مَغَانِمُ كَثِيرَةٌ ۚ

94. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwafata inzira mugiye guharanira idini ry'Imana Allah, muritondera ivyo mukora n'ivyo mudakora muheze mutohoze neza, ntimuzohakane ukwemera kw'uwubaramukije indamutso y'amahoro atabarwanya ngo mumubwire muti: "Nturi

[1] Kiretse mu gihe yokwigaya ukuri kw'ukwigaya atarapfa, kandi Imana Allah ntizohanisha ibigaba mu bemeramana umuriro wa Jahannamu ngo bawubemwo ibihe bidahera, ariko Izowubahanisha hanyuma ku mpuhwe zayo Iheze Ibatezurire.

كَذَٰلِكَ كُنتُم مِّن قَبۡلُ فَمَنَّ ٱللَّهُ عَلَيۡكُمۡ فَتَبَيَّنُوٓاْۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ بِمَا تَعۡمَلُونَ خَبِيرٗا ٩٤

umwislamu!", kumbure yoba ari umwislamu anyegeza ukwemera kwiwe, ivyo mukabikora murondera kuronka ivy'isi bihera, burya ku Mana Allah ni ho hari ingabirano nyinshi zibakwiye. Ni nk'uko nyene na mwebwe mwanyegeza ukwemera kwanyu mu ntango y'ubwislamu, hanyuma Imana Allah Ibatera ingoga muraserura ukwemera kwanyu ata co mwinona. Ni kuri izo mvo rero, mwokwitondera ivyo mukora, maze mukabanza gutohoza. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye Izi neza ivyo mukora vyose, ni Muhetuziwavyose, Izonabibahembera.

لَّا يَسۡتَوِي ٱلۡقَٰعِدُونَ مِنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ غَيۡرُ أُوْلِي ٱلضَّرَرِ وَٱلۡمُجَٰهِدُونَ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ بِأَمۡوَٰلِهِمۡ وَأَنفُسِهِمۡۚ فَضَّلَ ٱللَّهُ ٱلۡمُجَٰهِدِينَ بِأَمۡوَٰلِهِمۡ وَأَنفُسِهِمۡ عَلَى ٱلۡقَٰعِدِينَ دَرَجَةٗۚ وَكُلّٗا وَعَدَ ٱللَّهُ ٱلۡحُسۡنَىٰۚ وَفَضَّلَ ٱللَّهُ ٱلۡمُجَٰهِدِينَ عَلَى ٱلۡقَٰعِدِينَ أَجۡرًا عَظِيمٗا ٩٥

95. Abataja ku rugamba rwo guharanira idini ry'Imana Allah ata bituma bibarekurira gusiba[1], ntibashobora kunganya indishi n'ababaharanira idini ry'Imana Allah mu gutanga amatungo yabo no mu kwitanga bo nyene ubwabo. Ababaharanira idini ry'Imana Allah mu gutanga amatungo yabo no mu kwitanga bo nyene ubwabo, Imana Allah Yabahaye ingabirano n'icubahiro co hejuru mu Bwami bw'ijuru, gisumba ic'abataja ku rugamba rwo guharanira idini ry'Imana Allah ata gituma kihari co gusiba. N'aho biri ukwo rero, umugwi wose muri iyo migwi ibiri, Imana Allah Yarawutegekanirije indishi nziza y'Ubwami bw'ijuru. Imana Allah Yaranahaye abaja ku rugamba rwo guharanira idini ryayo indishi ihambaye isumba iy'abatarujako;

دَرَجَٰتٖ مِّنۡهُ وَمَغۡفِرَةٗ وَرَحۡمَةٗۚ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورٗا رَّحِيمًا ٩٦

96. Iyo ndishi ihambaye, igizwe n'ivyubahiro vyo hejuru bazohabwa mu Bwami bw'ijuru, hakurikijwe urugero rw'icubahiro c'umwe wese mu baja ku rugamba, hiyongeyeko ukugumirizwa akabanga ku vyaha vyabo ntibabihanirwe, hamwe rero no kugirirwa impuhwe n'Imana Allah. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenimbabazi-ntangere ku wigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo baja ku rugamba.

إِنَّ ٱلَّذِينَ تَوَفَّىٰهُمُ ٱلۡمَلَٰٓئِكَةُ ظَالِمِيٓ أَنفُسِهِمۡ قَالُواْ فِيمَ كُنتُمۡۖ قَالُواْ كُنَّا مُسۡتَضۡعَفِينَ فِي ٱلۡأَرۡضِۚ قَالُوٓاْ أَلَمۡ تَكُنۡ أَرۡضُ ٱللَّهِ وَٰسِعَةٗ فَتُهَاجِرُواْ فِيهَاۚ فَأُوْلَٰٓئِكَ مَأۡوَىٰهُمۡ جَهَنَّمُۖ وَسَآءَتۡ مَصِيرًا ٩٧

97. Mu vy'ukuri, abicwa n'abamalayika, bakaba barirenganije ku kutimukira aho batekanirwa mw'idini, nibazuka, bazobazwa n'abamalayika n'agasuzuguro n'akantu bati: "Mwabayeho gute mw'idini ryanyu?". Na bo bazokwishura bigovyora bati: "Twari dufise ingoga nke kw'isi, ntitwari dushoboye kwirwanako". Abamalayika na bo bati: "Mbega isi y'Imana Allah, ntiyari yagutse, ku buryo mwari kwimukira ahandi kw'isi mugaheza mugatekanirwa, mukidegemvya mw'idini ryanyu!". Abo rero, ni bo ubushikiro bwabo ari mu muriro wa Jahannamu, ni na yo maherezo mabi cane;

[1] Nk'indwara n'ubumuga.

إِلَّا ٱلْمُسْتَضْعَفِينَ مِنَ ٱلرِّجَالِ وَٱلنِّسَآءِ وَٱلْوِلْدَٰنِ لَا يَسْتَطِيعُونَ حِيلَةً وَلَا يَهْتَدُونَ سَبِيلًا ﴿٩٨﴾

98. Kiretse abari bafise ingoga nke ku mvo z'ubusaza mu bagabo no mu bakenyezi, hamwe rero n'abana badashoboye kwirwanako, batazi n'inzira bofata ibakura mu karenganyo barimwo;

فَأُو۟لَٰٓئِكَ عَسَى ٱللَّهُ أَن يَعْفُوَ عَنْهُمْ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَفُوًّا غَفُورًا ﴿٩٩﴾

99. Abo rero badashoboye kwirwanako, kumbure Imana Allah Izobaharira ibicumuro vyabo. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenuguhariribicumuro, Nyenimbabazi-ntangere.

۞وَمَن يُهَاجِرْ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ يَجِدْ فِى ٱلْأَرْضِ مُرَٰغَمًا كَثِيرًا وَسَعَةً ۚ وَمَن يَخْرُجْ مِنۢ بَيْتِهِۦ مُهَاجِرًا إِلَى ٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ ثُمَّ يُدْرِكْهُ ٱلْمَوْتُ فَقَدْ وَقَعَ أَجْرُهُۥ عَلَى ٱللَّهِ ۗ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿١٠٠﴾

100. Uwo wese rero yimukiye aho atekanirwa akidegemvya mw'idini ku bw'Imana Allah, arondera guharanira idini ryayo, azoronka ukwishira n'ukwizana kw'isi, yoroherwe no mu buzima. Uwo wese avuye mu rwiwe afise intumbero yo guharanira Imana Allah n'Intumwa yayo, hanyuma agashikirwa n'urupfu atarashika iyo yimukira, ni ukuri Imana Allah Izoba Yamaze kumwandikira indishi ikwiye y'ukwimuka. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenimbabazi-ntangere, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِذَا ضَرَبْتُمْ فِى ٱلْأَرْضِ فَلَيْسَ عَلَيْكُمْ جُنَاحٌ أَن تَقْصُرُوا۟ مِنَ ٱلصَّلَوٰةِ إِنْ خِفْتُمْ أَن يَفْتِنَكُمُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ ۚ إِنَّ ٱلْكَٰفِرِينَ كَانُوا۟ لَكُمْ عَدُوًّا مُّبِينًا ﴿١٠١﴾

101. Bemeramana! Nimwaramuka mufashe urugendo rero, nta caha kuri mwebwe kiri mu kugabanya[1] ivyunamo vy'isengesho, mu gihe mwotinya ko abansi banyu bobaca mu ryahumye bakabatera muri mw'isengesho[2]. Mu vy'ukuri, abagarariji bamye ari abansi banyu babagaragariza urwanko, nimubiyubare rero.

وَإِذَا كُنتَ فِيهِمْ فَأَقَمْتَ لَهُمُ ٱلصَّلَوٰةَ فَلْتَقُمْ طَآئِفَةٌ مِّنْهُم مَّعَكَ وَلْيَأْخُذُوٓا۟ أَسْلِحَتَهُمْ ۖ فَإِذَا سَجَدُوا۟ فَلْيَكُونُوا۟ مِن وَرَآئِكُمْ وَلْتَأْتِ طَآئِفَةٌ أُخْرَىٰ لَمْ يُصَلُّوا۟ فَلْيُصَلُّوا۟ مَعَكَ وَلْيَأْخُذُوا۟ حِذْرَهُمْ وَأَسْلِحَتَهُمْ ۗ وَدَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لَوْ تَغْفُلُونَ عَنْ أَسْلِحَتِكُمْ وَأَمْتِعَتِكُمْ فَيَمِيلُونَ عَلَيْكُم مَّيْلَةً وَٰحِدَةً ۚ وَلَا جُنَاحَ عَلَيْكُمْ إِن كَانَ بِكُمْ أَذًى مِّن مَّطَرٍ أَوْ كُنتُم مَّرْضَىٰٓ أَن تَضَعُوٓا۟ أَسْلِحَتَكُمْ ۖ

102. Muvugishwamana! Mu gihe uri kumwe n'ingendanyi ku rugamba, maze ugashaka kuzisengesha, umugwi umwe muri zo urahaguruka uheze uwusengeshe, maze ugumane ibirwanisho vyawo; uwo mugwi niwubama, uwundi mugwi utariko urasenga, uraca uguma urikanuye, maze uhagarare inyuma yanyu, ubacungerereye umutekano, gutyo wa mugwi wa mbere ubandanye gusenga icunamo kigira kabiri, uheze unasozere isengesho hanyuma uramutse. Hace haza wa mugwi wa kabiri utarasenga, ugusange ukiri mu cunamo ca kabiri, ushoke uwusengesha icunamo cawo ca mbere, uheze usozere uramutse ukwijije icunamo cawe kigira kabiri, hanyuma uwo mugwi ubandanye gusenga icunamo kigira kabiri, maze wiyubare umwansi wawo, uheze ugumane ibirwanisho vyawo. Abagararije baripfuje ko mwogotwa na gato mugashira ibirwanisho n'ibikoresho vyanyu hasi, bagaca babaca mu ryahumye bakabatera igitero

[1] Ukugabanya igitigiri c'ivyunamo vy'isengesho kurarekuwe mu gihe umuntu ari ku rugendo, haba mu gihe abantu batekanye mu zabo canke mu gihe hari imvo zituma batekerwa n'ubwoba.

[2] Mu ntango y'ubwislamu, ingendo zagirwa n'abemeramana zari ziteye ubwoba budasanzwe kuko bahigwa buhongo.

وَخُذُوا۟ حِذْرَكُمْ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ أَعَدَّ لِلْكَٰفِرِينَ عَذَابًا مُّهِينًا ﴿١٠٢﴾

sindamusiga. Nta caha rero kuri mwebwe co gushira ibirwanisho hasi, mu gihe hoba hari ibibabangamiye nk'imvura canke indwara, mu gihe mwokwama mugavye. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yarategekanirije abagarariji ibihano bisuzuguza;

فَإِذَا قَضَيْتُمُ ٱلصَّلَوٰةَ فَٱذْكُرُوا۟ ٱللَّهَ قِيَٰمًا وَقُعُودًا وَعَلَىٰ جُنُوبِكُمْ ۚ فَإِذَا ٱطْمَأْنَنتُمْ فَأَقِيمُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ ۚ إِنَّ ٱلصَّلَوٰةَ كَانَتْ عَلَى ٱلْمُؤْمِنِينَ كِتَٰبًا مَّوْقُوتًا ﴿١٠٣﴾

103. Nimwaheza gusenga rero, murashishikara muninahaza Imana Allah muyitazira uko muzoba muri kwose, muhagaze, mwicaye no mu gihe mukitse urubavu. Nimwatekana urugamba ruheze, muraheza musenge isengesho rikwije ivyunamo, muryitwararike. Mu vy'ukuri, isengesho ku bemeramana ryamye ritegetswe gusengwa ku mwanya ryagenewe;

وَلَا تَهِنُوا۟ فِى ٱبْتِغَآءِ ٱلْقَوْمِ ۖ إِن تَكُونُوا۟ تَأْلَمُونَ فَإِنَّهُمْ يَأْلَمُونَ كَمَا تَأْلَمُونَ ۖ وَتَرْجُونَ مِنَ ٱللَّهِ مَا لَا يَرْجُونَ ۗ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلِيمًا حَكِيمًا ﴿١٠٤﴾

104. Ntimugacike integer mu gukurikirana no mu kurwanya abansi banyu. Nimwaba mubabazwa n'indwano n'inkurikizi zayo, nimumenye ko mu vy'ukuri n'abansi banyu bababazwa n'indwano n'inkurikizi zayo; nk'uko bibababaza na mwe, mu gihe mwizeye ku Mana Allah indishi n'intsinzi bobo batizeye, burya Imana Allah Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Irazi ukuri ku vyakozwe n'ibiremwa, Intungane mu vyo Ikora.

إِنَّآ أَنزَلْنَآ إِلَيْكَ ٱلْكِتَٰبَ بِٱلْحَقِّ لِتَحْكُمَ بَيْنَ ٱلنَّاسِ بِمَآ أَرَىٰكَ ٱللَّهُ ۚ وَلَا تَكُن لِّلْخَآئِنِينَ خَصِيمًا ﴿١٠٥﴾

105. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Twebwe Allah Twakumanuriye Igitabu ca Qor'ani kirimwo ukuri kuzima, kugira utunganirize abantu bose ku vyo wahishuriwe ukerekwa n'Imana Allah, ntugakingire na gato rero abantu bihemukira mu kunyegeza ukuri;

وَٱسْتَغْفِرِ ٱللَّهَ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿١٠٦﴾

106. Uraheza unasabe Imana Allah imbabazi mu bihe vyose. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَلَا تُجَٰدِلْ عَنِ ٱلَّذِينَ يَخْتَانُونَ أَنفُسَهُمْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ مَن كَانَ خَوَّانًا أَثِيمًا ﴿١٠٧﴾

107. Ntuzonakingire mu kuvugira abihemukiye mu gucumura ku Mana Allah. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntikunda namba umuhemu karuhariwe akaba n'umucumuzi ruhebwa;

يَسْتَخْفُونَ مِنَ ٱلنَّاسِ وَلَا يَسْتَخْفُونَ مِنَ ٱللَّهِ وَهُوَ مَعَهُمْ إِذْ يُبَيِّتُونَ مَا لَا يَرْضَىٰ مِنَ ٱلْقَوْلِ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ بِمَا يَعْمَلُونَ مُحِيطًا ﴿١٠٨﴾

108. Bariherera bakinyegeza bagahisha abantu ibibi bakora, kandi badashoboye kwinyegeza Imana Allah ngo ivyo bakora bibatere isoni, mu gihe Iba Iri kumwe na bo ku bumenyi bwayo iyo barara barategurira ibitayishimisha mu majambo. Burya Imana Allah mu bumenyi bwayo, Yamye Ikikuje ivyo bavuga n'ivyo bakora vyose, kandi Izobibahembera.

هَٰٓأَنتُمْ هَٰٓؤُلَآءِ جَٰدَلْتُمْ عَنْهُمْ فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا فَمَن يُجَٰدِلُ ٱللَّهَ عَنْهُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ أَم مَّن يَكُونُ عَلَيْهِمْ وَكِيلًا ﴿١٠٩﴾

109. Ehe mwebwe abemeramana mwarubahutse gukingira mu kuvugira abihemukiye mu buzima bwo kw'isi, none ni nde azobakingira mu kubavugira ku Mana Allah ku musi w'izuka nibaharurirwa, canke ni nde azobabera umuhagarikizi kuri uwo musi!

110. Uwo wese rero, azorondera gukora ikibi canke akirenganya mu guca kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah, hanyuma akicuza ku vyo yakoze akagaruka ku Mana Allah, akayisaba ko Imugumiriza akabanga ku vyaha vyiwe, ntibimuhanire, azosanga Imana Allah ari Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَمَن يَعْمَلْ سُوٓءًا أَوْ يَظْلِمْ نَفْسَهُۥ ثُمَّ يَسْتَغْفِرِ ٱللَّهَ يَجِدِ ٱللَّهَ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿١١٠﴾

111. Uwo wese azocumura n'ibigirankana, ni ukuri azohanirwa nya gicumuro ku gatwe kiwe. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Irazi ukuri ku vyakozwe n'ibiremwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَمَن يَكْسِبْ إِثْمًا فَإِنَّمَا يَكْسِبُهُۥ عَلَىٰ نَفْسِهِۦ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلِيمًا حَكِيمًا ﴿١١١﴾

112. Uwo wese azocumura ku kwihenda, canke agakora icaha n'ibigirankana, hanyuma akavyegeka ku wundi ku kadenderezo, ni ukuri azoba yiremetse irementanya rutura risiga ubwenge kandi rihanwa.

وَمَن يَكْسِبْ خَطِيٓـَٔةً أَوْ إِثْمًا ثُمَّ يَرْمِ بِهِۦ بَرِيٓـًٔا فَقَدِ ٱحْتَمَلَ بُهْتَٰنًا وَإِثْمًا مُّبِينًا ﴿١١٢﴾

113. Ntumwa y'Imana! Iyo hataba impano n'impuhwe z'Imana Allah mu kukugira Umuvugishwamana, Igaheza Ikanagukingira, mu bihemukiye hari kuvamwo umugwi wita ku rutare kugira ngo uguhubishe inzira y'ukuri, kira noneho uwo mugwi nta n'uwo wari guhubisha kiretse ukwihubisha wo wonyene, eka nta n'ico wokwiciye kuko wewe ukingiwe, kira noneho Imana Allah Yaranakumanuriye Igitabu ca Qor'ani, Iguha inyigisho n'imigenzo biyitomora, maze Ikwigisha n'ivyo utari uzi. Burya impano z'Imana Allah Yakugeneye zamye zihambaye.

وَلَوْلَا فَضْلُ ٱللَّهِ عَلَيْكَ وَرَحْمَتُهُۥ لَهَمَّت طَّآئِفَةٌ مِّنْهُمْ أَن يُضِلُّوكَ وَمَا يُضِلُّونَ إِلَّآ أَنفُسَهُمْ ۖ وَمَا يَضُرُّونَكَ مِن شَىْءٍ ۚ وَأَنزَلَ ٱللَّهُ عَلَيْكَ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحِكْمَةَ وَعَلَّمَكَ مَا لَمْ تَكُن تَعْلَمُ ۚ وَكَانَ فَضْلُ ٱللَّهِ عَلَيْكَ عَظِيمًا ﴿١١٣﴾

114. Nta neza iri mu biyago abantu bagirira mu bwongoshwe, kiretse mu gihe nya biyago vyoba bitegeka gutanga imperezwa, canke gukora iciza, canke kunywanisha abatase mu bantu. Uwo wese rero azogira ico akoze muri ivyo, arondera indishi no gushimwa n'Imana Allah, namenye ko Twebwe Allah Tuzoheza Tukamuha indishi ihambaye kandi ishimishije.

۞ لَّا خَيْرَ فِى كَثِيرٍ مِّن نَّجْوَىٰهُمْ إِلَّا مَنْ أَمَرَ بِصَدَقَةٍ أَوْ مَعْرُوفٍ أَوْ إِصْلَٰحٍۭ بَيْنَ ٱلنَّاسِ ۚ وَمَن يَفْعَلْ ذَٰلِكَ ٱبْتِغَآءَ مَرْضَاتِ ٱللَّهِ فَسَوْفَ نُؤْتِيهِ أَجْرًا عَظِيمًا ﴿١١٤﴾

115. Uwo wese azoca kubiri n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), inyuma y'aho amariye gutomokerwa n'ukuri, maze agakurikira inzira itari iy'abemeramana, Twebwe Allah Tuzoheza Tumurekere ku vyo yatumbereye, ntituzomushoboza kubona ukuri, Duheze Tunamwinjize mu muriro wa Jahannamu awote, ni na yo maherezo mabi cane.

وَمَن يُشَاقِقِ ٱلرَّسُولَ مِنۢ بَعْدِ مَا تَبَيَّنَ لَهُ ٱلْهُدَىٰ وَيَتَّبِعْ غَيْرَ سَبِيلِ ٱلْمُؤْمِنِينَ نُوَلِّهِۦ مَا تَوَلَّىٰ وَنُصْلِهِۦ جَهَنَّمَ ۖ وَسَآءَتْ مَصِيرًا ﴿١١٥﴾

116. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntigumiriza akabanga ngo Ibabarire icaha co kuyibangikanya n'ikintu na kimwe mu biremwa, canke kuyigarariza mu buryo ubwo ari bwo bwose buciye kubiri n'ukwemera, mu gihe uwagikoze yopfa atarigaya. Imana Allah Igumiriza akabanga,

إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَغْفِرُ أَن يُشْرَكَ بِهِۦ وَيَغْفِرُ مَا دُونَ ذَٰلِكَ لِمَن يَشَآءُ ۚ وَمَن يُشْرِكْ بِٱللَّهِ فَقَدْ ضَلَّ ضَلَٰلًۢا بَعِيدًا ﴿١١٦﴾

Ikababarira ibindi vyaha n'ibicumuro bitari ivyo ku wo Ishatse mu biremwa. Uwo wese rero abangikanije Imana Allah n'ikindi kintu, aba yahuvye uguhuba kuri kure cane y'ukuri.

117. Ababangikanyamana ntibiyegereza mu vyo bakora mu gusenga ibitari Imana Allah, kiretse ibigirwamana ata co vyungura uwubisenga, ata n'ico vyicira uwuretse kubisenga, burya ntibasenga kiretse shetani yagararije Imana Allah ikimonogoza;

إِن يَدْعُونَ مِن دُونِهِۦٓ إِلَّآ إِنَٰثًا وَإِن يَدْعُونَ إِلَّا شَيْطَٰنًا مَّرِيدًا ﴿١١٧﴾

118. Irakavumwa n'Imana Allah. Shetani yarinamuye n'agahigihigi n'akantu iti: "Ni ukuri nzokwigirira mu biremwa vyawe umugwi uzwi, maze ndawuryohereze mu mvugo n'ingiro;

لَّعَنَهُ ٱللَّهُ ۘ وَقَالَ لَأَتَّخِذَنَّ مِنْ عِبَادِكَ نَصِيبًا مَّفْرُوضًا ﴿١١٨﴾

119. Ni ukuri, abazonkurikira muri bo nzobahubisha inzira y'ukuri; ni ukuri nzobaha n'umwizero w'ikinyoma; ni ukuri nzonabararikira guca no gutobora amatwi y'ibitungwa; ni ukuri nzonabararikira guhindura indemo n'ubwiza-ndemanwa bahawe n'Imana Allah". Uwo wese rero azokwumvira shetani akayikurikira, akayigira umuhagarikizi wiwe yirengagije Imana Allah, ni ukuri azoba yahomvye uruhombo rugaragara.

وَلَأُضِلَّنَّهُمْ وَلَأُمَنِّيَنَّهُمْ وَلَءَامُرَنَّهُمْ فَلَيُبَتِّكُنَّ ءَاذَانَ ٱلْأَنْعَٰمِ وَلَءَامُرَنَّهُمْ فَلَيُغَيِّرُنَّ خَلْقَ ٱللَّهِ ۚ وَمَن يَتَّخِذِ ٱلشَّيْطَٰنَ وَلِيًّا مِّن دُونِ ٱللَّهِ فَقَدْ خَسِرَ خُسْرَانًا مُّبِينًا ﴿١١٩﴾

120. Shetani iraheza igaha abayikurikira isezerano n'umwizero vy'ikinyoma, kanatsinda ntiyigera ibaha isezerano kiretse isezerano ry'uruhendo.

يَعِدُهُمْ وَيُمَنِّيهِمْ ۖ وَمَا يَعِدُهُمُ ٱلشَّيْطَٰنُ إِلَّا غُرُورًا ﴿١٢٠﴾

121. Abazokurikira shetani, 112tari rero ubushikiro bwabo ari mu muriro wa Jahannamu, nta n'ubuhungiro bazoronka bwo kuwuvamwo.

أُو۟لَٰٓئِكَ مَأْوَىٰهُمْ جَهَنَّمُ وَلَا يَجِدُونَ عَنْهَا مَحِيصًا ﴿١٢١﴾

122. Nayo abemeye vy'ukuri Imana Allah bakanakora ivyiza bitegetswe, Tuzobinjiza mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'inyubakwa n'ibiti vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera, mu nema zamaho, ni ryo sezerano ry'ukuri ry'Imana Allah. Nta n'umwe rero yoba imvugakuri mu gushitsa isezerano, yoza aruta Imana Allah;

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ سَنُدْخِلُهُمْ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدًا ۖ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقًّا ۚ وَمَنْ أَصْدَقُ مِنَ ٱللَّهِ قِيلًا ﴿١٢٢﴾

123. Iyo mpano ihambaye y'Ubwami bw'ijuru rero, ntimuzoyishikako ku kwipfuza kwanyu mwebwe abislamu, canke ku kwipfuza kw'abahawe Igitabu, kudashingiye ku kwemera vy'ukuri no ku gukora ibishimisha Imana Allah. Nyabuna uwo wese azokora ikibi, azogihemberwa maze agihanirwe, nta n'umuhagarikizi azoronka atari Imana Allah amukura mu bihano, eka nta n'umutabazi azoronka abimukingira;

لَّيْسَ بِأَمَانِيِّكُمْ وَلَآ أَمَانِىِّ أَهْلِ ٱلْكِتَٰبِ ۗ مَن يَعْمَلْ سُوٓءًا يُجْزَ بِهِۦ وَلَا يَجِدْ لَهُۥ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَلِيًّا وَلَا نَصِيرًا ﴿١٢٣﴾

124. N'uwo wese nyene azokora ivyiza bitegetswe, yaba umuhungu canke umukobwa, akaba yemera Imana Allah n'Intumwa yayo, uyo rero ni we azoba ari mu bazokwinjira mu Bwami bw'ijuru, ntibazonarenganywa na gato ku ndishi y'ivyo bakoze, n'aho koba akantu kanzunya, kangana n'agahere kari ku mugongo w'urutete rw'itende.

وَمَن يَعْمَلْ مِنَ ٱلصَّٰلِحَٰتِ مِن ذَكَرٍ أَوْ أُنثَىٰ وَهُوَ مُؤْمِنٌ فَأُوْلَٰٓئِكَ يَدْخُلُونَ ٱلْجَنَّةَ وَلَا يُظْلَمُونَ نَقِيرًا ﴿١٢٤﴾

125. Nta n'umwe yubahiriza idini ryiza yoza arusha uwicisha bugufi, agatumbera wese muzima Imana Allah, akaba ari n'umugwaneza mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, akanakurikira idini rya Ibrahimu ry'ubwislamu rishingiye ku kwemera-ndemanwa, gushingiye ku gusenga Imana Imwe Rudende Allah. Burya Imana Allah Yaramaze kugira Intumwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) umukunzi w'intore[1] mu biremwa vyose.

وَمَنْ أَحْسَنُ دِينًا مِّمَّنْ أَسْلَمَ وَجْهَهُۥ لِلَّهِ وَهُوَ مُحْسِنٌ وَٱتَّبَعَ مِلَّةَ إِبْرَٰهِيمَ حَنِيفًا ۗ وَٱتَّخَذَ ٱللَّهُ إِبْرَٰهِيمَ خَلِيلًا ﴿١٢٥﴾

126. Imana Allah ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo. Burya Imana Allah mu bumenyi bwayo Yamye Ikikuje ibintu vyose, nta kiyinyegeje muri vyo.

وَلِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ بِكُلِّ شَىْءٍ مُّحِيطًا ﴿١٢٦﴾

127. Muvugishwamana! Abantu barakubaza ibibadidaniye ku bijanye n'ingingo zerekeye abakenyezi, babwire ko Imana Allah Ibatomorera ingingo zerekeye abo bakenyezi, n'ingingo musomerwa mu Gitabu zerekeye impfuvyikazi mudahereza ivyo Imana Allah Yazigeneye mu nkwano n'ibisigi, no mu bindi bijanye n'agateka kazo, mugaheza mukipfuza kuzabira, Iranabatomorera ingingo zerekeye abatishoboye mu bana b'abahungu, hamwe rero n'ukuntu mwotunganiriza impfuvyi, ata kuzirenganya mu kutubahiriza agateka kazo. Ico ari co cose rero mugize mu vyiza, mu vy'ukuri Imana Allah Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Izokibahembera.

وَيَسْتَفْتُونَكَ فِى ٱلنِّسَآءِ ۖ قُلِ ٱللَّهُ يُفْتِيكُمْ فِيهِنَّ وَمَا يُتْلَىٰ عَلَيْكُمْ فِى ٱلْكِتَٰبِ فِى يَتَٰمَى ٱلنِّسَآءِ ٱلَّٰتِى لَا تُؤْتُونَهُنَّ مَا كُتِبَ لَهُنَّ وَتَرْغَبُونَ أَن تَنكِحُوهُنَّ وَٱلْمُسْتَضْعَفِينَ مِنَ ٱلْوِلْدَٰنِ وَأَن تَقُومُوا۟ لِلْيَتَٰمَىٰ بِٱلْقِسْطِ ۚ وَمَا تَفْعَلُوا۟ مِنْ خَيْرٍ فَإِنَّ ٱللَّهَ كَانَ بِهِۦ عَلِيمًا ﴿١٢٧﴾

128. Umukenyezi na we, niyatinya ko umugabo wiwe yokwiganza agahava amuhunga, canke akamwirengagiza, nta caha kuri bompi kiri mu kwumvikana gusubiza hamwe, mu gihe umukenyezi yokwemera guheba umusi wo kumutahira, canke bimwe mu vyo yari agenewe, kugira ntibahukane. Ukwumvikana rero gutuma babandanya kubana, ni vyiza cane gusumba ukwahukana, imitima y'abantu na yo burya yaremwe ari ingumyi nta co yikura. Nimwaramuka rero mubanye n'abakenyezi banyu mu bugwaneza, mugaheza mugatinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo ajanye no kwubaka zikaguma, mu vy'ukuri Imana Allah

وَإِنِ ٱمْرَأَةٌ خَافَتْ مِنۢ بَعْلِهَا نُشُوزًا أَوْ إِعْرَاضًا فَلَا جُنَاحَ عَلَيْهِمَآ أَن يُصْلِحَا بَيْنَهُمَا صُلْحًا ۚ وَٱلصُّلْحُ خَيْرٌ ۗ وَأُحْضِرَتِ ٱلْأَنفُسُ ٱلشُّحَّ ۚ وَإِن تُحْسِنُوا۟ وَتَتَّقُوا۟ فَإِنَّ ٱللَّهَ كَانَ بِمَا تَعْمَلُونَ خَبِيرًا ﴿١٢٨﴾

[1] Iyi Aayah iremeza ko Imana Allah Ikunda Ikanahitamwo abakunzi b'intore mu bantu. Urwo ni rwo rukundo ruhanitse rwose.

Yamye Izi neza ivyo mukora vyose, ni Muhetuziwavyose, Izonabibahembera.

وَلَن تَسْتَطِيعُوٓاْ أَن تَعْدِلُواْ بَيْنَ ٱلنِّسَآءِ وَلَوْ حَرَصْتُمْ ۖ فَلَا تَمِيلُواْ كُلَّ ٱلْمَيْلِ فَتَذَرُوهَا كَٱلْمُعَلَّقَةِ ۚ وَإِن تُصْلِحُواْ وَتَتَّقُواْ فَإِنَّ ٱللَّهَ كَانَ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿١٢٩﴾

129. Bagabo mwubatse izanyu! Ntimuzoshobora gutunganiriza abakenyezi banyu mu rukundo mu buryo bungana n'aho mwovyitwararika, kubera ivyo rero, ntimukirengagize burundu uwo mudahurumbira cane muri bo mu rukundo ngo mumugire intabwa, maze abe nk'uwumanitswe ku gati atabiriwe atahukanye, gutyo mucumure ku Mana Allah. Nimwatunganya ibikorwa vyanyu maze mukagaburira abakenyezi banyu ibibabeshaho bingana ata nkunzi, mugaheza mugatinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo mu kuntu mubanye, bizoba bikwiye. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِن يَتَفَرَّقَا يُغْنِ ٱللَّهُ كُلًّا مِّن سَعَتِهِۦ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ وَٰسِعًا حَكِيمًا ﴿١٣٠﴾

130. Umugabo n'umukenyezi wiwe nibaramuka bahukanye, Imana Allah Izoheza Ikenure umwe wese muri bo mu kumuronsa ibimubeshaho, burya Imana Allah Yamye ari Nyenimpano-ntangere, Intungane mu vyo Ikora.

وَلِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ۗ وَلَقَدْ وَصَّيْنَا ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلْكِتَٰبَ مِن قَبْلِكُمْ وَإِيَّاكُمْ أَنِ ٱتَّقُواْ ٱللَّهَ ۚ وَإِن تَكْفُرُواْ فَإِنَّ لِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ غَنِيًّا حَمِيدًا ﴿١٣١﴾

131. Imana Allah ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo. Ni ukuri Twebwe Allah Twarahaye iragi abahawe Igitabu aho hambere yanyu, hamwe na mwe nyene mwarungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), iragi ry'uko mutinya Imana Imwe Rudende Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Nimwagarariza mugahakana mwivuye inyuma Imana Allah n'amabwirizwa yayo, muramenya ko Imana Allah ari Uwikenuye kuko ari Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo, nta co Ikeneye kuri vyo kuko Yikwije muri vyose. Burya Imana Allah Yamye ari Uwikenuye, Nyenugushimwa;

وَلِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ وَكِيلًا ﴿١٣٢﴾

132. Burya Imana Allah ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo, burya Imana Allah Irakwiye kuba ari Yo Muhagarikizi-Rutunganya, Itunganiriza ibiremwa;

إِن يَشَأْ يُذْهِبْكُمْ أَيُّهَا ٱلنَّاسُ وَيَأْتِ بِـَٔاخَرِينَ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلَىٰ ذَٰلِكَ قَدِيرًا ﴿١٣٣﴾

133. Bantu! Imana Allah rero Yoshaka Yobahonya mwese, Igaheza Ikarema ibindi biremwa bitari mwebwe. Ivyo kandi rero, Imana Allah Yamye Ibishoboye.

مَّن كَانَ يُرِيدُ ثَوَابَ ٱلدُّنْيَا فَعِندَ ٱللَّهِ ثَوَابُ ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ سَمِيعًۢا بَصِيرًا ﴿١٣٤﴾

134. Bantu! Muri mwebwe rero, uwushaka indishi yo mu buzima bwo kw'isi, maze akirengagiza indishi yo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, namenye ko ku Mana Allah gusa ari ho hari indishi yo mu buzima bwo kw'isi n'iyo mu bw'inyuma yo gupfa, aheze rero ayisabe ivyiza vyo muri

ubwo buzima bwompi. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'abaja bayo; Nyenukubona, Irabona neza ivyo bakora n'ivyo bazirikana, Izonabibahembera.

135. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimuhagarikire ubutungane maze mube ivyabona vy'ukuri ku bw'Imana Allah, n'aho vyoshika mukiyagiriza canke mukagiriza abavyeyi banyu n'abavandimwe banyu. Uko uwagirizwa azoba ari kwose, yaba umutunzi canke umukene, burya Imana Allah ni Yo Ishinzwe kumenya ineza y'umwe wese muri bo. Kubera ivyo rero, ntimugakurikire ivyipfuzo n'akagagazo vyanyu ngo bibabuze gutunganiriza abantu. Mu gihe mwokebanya ukuri mu majambo, mukaba ivyabona vy'ikinyoma, canke mukirengagiza gushikiriza ukuri muzi canke mukakunyegeza, muramenya ko mu vy'ukuri Imana Allah Yamye Izi neza ivyo mukora vyose, ni Muhetuziwavyose, Izonabibahembera.

۞يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ كُونُواْ قَوَّٰمِينَ بِٱلْقِسْطِ شُهَدَآءَ لِلَّهِ وَلَوْ عَلَىٰٓ أَنفُسِكُمْ أَوِ ٱلْوَٰلِدَيْنِ وَٱلْأَقْرَبِينَۚ إِن يَكُنْ غَنِيًّا أَوْ فَقِيرًا فَٱللَّهُ أَوْلَىٰ بِهِمَاۖ فَلَا تَتَّبِعُواْ ٱلْهَوَىٰٓ أَن تَعْدِلُواْۚ وَإِن تَلْوُۥٓاْ أَوْ تُعْرِضُواْ فَإِنَّ ٱللَّهَ كَانَ بِمَا تَعْمَلُونَ خَبِيرًا ﴿١٣٥﴾

136. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimushishikare mwemera Imana Allah, Intumwa yayo Mahamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe zayo), Igitabu cayo ca Qor'ani Yamanuriye Intumwa yayo, hamwe rero n'ibindi Bitabu Yamanuriye izindi Ntumwa. Uwo wese rero azogarariza agahakana yivuye inyuma Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo, Intumwa zayo, hamwe rero n'umusi w'iherezo, ni ukuri azoba yarahuvye uguhuba kuri kure cane y'ukuri.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ ءَامِنُواْ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَٱلْكِتَٰبِ ٱلَّذِى نَزَّلَ عَلَىٰ رَسُولِهِۦ وَٱلْكِتَٰبِ ٱلَّذِىٓ أَنزَلَ مِن قَبْلُۚ وَمَن يَكْفُرْ بِٱللَّهِ وَمَلَٰٓئِكَتِهِۦ وَكُتُبِهِۦ وَرُسُلِهِۦ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ فَقَدْ ضَلَّ ضَلَٰلًۢا بَعِيدًا ﴿١٣٦﴾

137. Mu vy'ukuri, abinjiye mu ruhongore rw'ukwemera Imana Allah, hanyuma bakaruvamwo bagasubira mu bugarariji, mu nyuma bakagaruka mu ruhongore rw'ukwemera Imana Allah, hanyuma bagasubira kandi mu bugarariji, hanyuma bagashishikara mu bugarariji bagatsimbatara, ntivyari gushika ko Imana Allah Ibagumiriza akabanga ku vyaha vyabo ngo Ibababarire, eka ntivyari no gushika ko Ibarongora mu nzira igororotse yotuma badahanwa.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ثُمَّ كَفَرُواْ ثُمَّ ءَامَنُواْ ثُمَّ كَفَرُواْ ثُمَّ ٱزْدَادُواْ كُفْرًا لَّمْ يَكُنِ ٱللَّهُ لِيَغْفِرَ لَهُمْ وَلَا لِيَهْدِيَهُمْ سَبِيلًۢا ﴿١٣٧﴾

138. Ntumwa y'Imana! Shikiriza indyarya inkuru y'incamugongo ko zategekanirijwe ibihano bibabaza;

بَشِّرِ ٱلْمُنَٰفِقِينَ بِأَنَّ لَهُمْ عَذَابًا أَلِيمًا ﴿١٣٨﴾

139. Indyarya, ni barya bagira mu bagarariji abagenzi somambike bacuditse babahagarariye bakirengagiza abemeramana. Mbega none ivyo babigira babaronderako icubahiro no gukingirwa! Ico bakwiye kumenya ni uko mu vy'ukuri icubahiro no gukingirwa vyose biva ku Mana Allah.

ٱلَّذِينَ يَتَّخِذُونَ ٱلْكَٰفِرِينَ أَوْلِيَآءَ مِن دُونِ ٱلْمُؤْمِنِينَۚ أَيَبْتَغُونَ عِندَهُمُ ٱلْعِزَّةَ فَإِنَّ ٱلْعِزَّةَ لِلَّهِ جَمِيعًا ﴿١٣٩﴾

وَقَدۡ نَزَّلَ عَلَيۡكُمۡ فِي ٱلۡكِتَٰبِ أَنۡ إِذَا سَمِعۡتُمۡ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ يُكۡفَرُ بِهَا وَيُسۡتَهۡزَأُ بِهَا فَلَا تَقۡعُدُواْ مَعَهُمۡ حَتَّىٰ يَخُوضُواْ فِي حَدِيثٍ غَيۡرِهِۦٓ إِنَّكُمۡ إِذٗا مِّثۡلُهُمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ جَامِعُ ٱلۡمُنَٰفِقِينَ وَٱلۡكَٰفِرِينَ فِي جَهَنَّمَ جَمِيعًا ١٤٠

140. Bemeramana! Ni ukuri, Imana Allah Yaramaze kubamanurira mu Gitabu cayo Qor'ani, ko mu gihe mwumvise igarariza n'itebura kuri Aayah n'ivyemezo vyayo, mutobandanya mwicaranye n'abo bagarariji babiteburako, kiretse mu gihe botandukira ibindi biganiro bitagiramwo igarariza n'itebura kuri Aayah n'ivyemezo vyayo. Bitagenze ukwo, ni ukuri muzoba muri nkabo muri iryo garariza n'itebura, muzohanwa kumwe. Mu vy'ukuri, Imana Allah Izokwegeraniriza hamwe indyarya n'abagarariji bose mu muriro wa Jahannamu.

ٱلَّذِينَ يَتَرَبَّصُونَ بِكُمۡ فَإِن كَانَ لَكُمۡ فَتۡحٞ مِّنَ ٱللَّهِ قَالُوٓاْ أَلَمۡ نَكُن مَّعَكُمۡ وَإِن كَانَ لِلۡكَٰفِرِينَ نَصِيبٞ قَالُوٓاْ أَلَمۡ نَسۡتَحۡوِذۡ عَلَيۡكُمۡ وَنَمۡنَعۡكُم مِّنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَۚ فَٱللَّهُ يَحۡكُمُ بَيۡنَكُمۡ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِۗ وَلَن يَجۡعَلَ ٱللَّهُ لِلۡكَٰفِرِينَ عَلَى ٱلۡمُؤۡمِنِينَ سَبِيلًا ١٤١

141. Bemeramana! Indyarya kandi, ni barya babategа imisi barindiriye ko mushikirwa n'igeragezwa n'indwano. Iyo rero Imana Allah Ibahaye mugatsinda ku rugamba mukanaronka n'iminyago, baca bababwira babaryosharyosha bati: "Ntitwari kumwe na mwe ku rugamba tubafata mu mugongo!". Iyo naho abagarariji bagize ngo baratsinze canke ngo bararonse iminyago, baca babikundwakazako bati: "Ntitwabateye inkunga, tukabakingira abemeramana!". Burya Imana Allah Izobacira urubanza mwebwe be na bo ku musi w'izuka, kira noneho, Imana Allah ntizokwigera Icira abagarariji inzira yo gutsinda abemeramana, kuko bitebe bitebuke iherezo ryiza kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni iry'abemeramana.

إِنَّ ٱلۡمُنَٰفِقِينَ يُخَٰدِعُونَ ٱللَّهَ وَهُوَ خَٰدِعُهُمۡ وَإِذَا قَامُوٓاْ إِلَى ٱلصَّلَوٰةِ قَامُواْ كُسَالَىٰ يُرَآءُونَ ٱلنَّاسَ وَلَا يَذۡكُرُونَ ٱللَّهَ إِلَّا قَلِيلٗا ١٤٢

142. Mu vy'ukuri, indyarya ziriyorobeka mu kugaragaza ukwemera zigahisha ubugarariji, zibwira ko zihenda Imana Allah, mu gihe Imana Allah na Yo Izozihembera ukwo kwiyorobeka mu kwemera, Ikazihana. Iyo rero zihagurutse ngo zije gusenga zihagurukana ubunebwe mu kwiyerekana gusa, eka mbere ntizigera zininahaza zitazira Imana Allah kiretse gake cane;

مُّذَبۡذَبِينَ بَيۡنَ ذَٰلِكَ لَآ إِلَىٰ هَٰٓؤُلَآءِ وَلَآ إِلَىٰ هَٰٓؤُلَآءِۚ وَمَن يُضۡلِلِ ٱللَّهُ فَلَن تَجِدَ لَهُۥ سَبِيلٗا ١٤٣

143. Ntizigira aho zihagaze mu kwemera, ntiziharurwa mu bemeramana eka ntizinaharurwa no mu bagarariji. Burya uwugabitanye ku Mana Allah, maze Ikamukurako amaboko mu buhuvyi arimwo, ntuzokwigera umuronkera inzira imurongora mu kuri.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَتَّخِذُواْ ٱلۡكَٰفِرِينَ أَوۡلِيَآءَ مِن دُونِ ٱلۡمُؤۡمِنِينَۚ أَتُرِيدُونَ أَن تَجۡعَلُواْ لِلَّهِ عَلَيۡكُمۡ سُلۡطَٰنٗا مُّبِينًا ١٤٤

144. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukagire mu bagarariji abagenzi somambike mucuditse babahagarikiye mwirengagije abemeramana. Mbega none mushaka muri ukwo gucudika na bo, icemezo kigaragara kibagiriza ku Mana Allah ko mutemera vy'ukuri!

إِنَّ ٱلۡمُنَٰفِقِينَ فِي ٱلدَّرۡكِ ٱلۡأَسۡفَلِ مِنَ ٱلنَّارِ وَلَن تَجِدَ لَهُمۡ نَصِيرًا ١٤٥

145. Mu vy'ukuri, indyarya zizohanirwa mu nyenga y'umuriro ku musi w'izuka. Ntumwa y'Imana! Menya neza

kandi ko utazokwigera uzironkera umutabazi azikingira ibihano;

إِلَّا ٱلَّذِينَ تَابُواْ وَأَصۡلَحُواْ وَٱعۡتَصَمُواْ بِٱللَّهِ وَأَخۡلَصُواْ دِينَهُمۡ لِلَّهِ فَأُوْلَٰٓئِكَ مَعَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَۖ وَسَوۡفَ يُؤۡتِ ٱللَّهُ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ أَجۡرًا عَظِيمًا ١٤٦

146. Kiretse abazokwigaya muri zo, bagaheza bakagaruka ku Mana Allah, bakanatunganya ivyo bononye mu kwemera kwabo, maze bakanacudika n'abemeramana ku bw'Imana Allah, bagaheza bakeza n'idini ry'Imana Allah. Abo rero ni bo bazoba bari kumwe n'abemeramana mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, kandi Imana Allah Izoheza Ihe abemeramana impembo ihambaye.

مَّا يَفۡعَلُ ٱللَّهُ بِعَذَابِكُمۡ إِن شَكَرۡتُمۡ وَءَامَنتُمۡۚ وَكَانَ ٱللَّهُ شَاكِرًا عَلِيمًا ١٤٧

147. Bantu! Mbega none ihanwa ryanyu hari ico ryomarira Imana Allah mu gihe mwoshima mu gutunganya ibikorwa vyanyu, mukanayemera Yo hamwe n'Intumwa yayo! Burya Imana Allah Izobahanira ivyo mwakoze. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenugushima, Ihembera igikorwa uko kingana kwose n'aho coba akantu ide, ni Nyenubumenyikurivyose.

۞لَّا يُحِبُّ ٱللَّهُ ٱلۡجَهۡرَ بِٱلسُّوٓءِ مِنَ ٱلۡقَوۡلِ إِلَّا مَن ظُلِمَۚ وَكَانَ ٱللَّهُ سَمِيعًا عَلِيمًا ١٤٨

148. Imana Allah ntikunda na gato ko umuntu aserura ijambo ribi, kiretse ku warenganijwe, uyo ararekuriwe guserura ububi bw'uwamurenganije kugira arenganurwe. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenukwumva, Irumva ivyo muserura, Nyenubumenyikurivyose, Irazi n'ivyo muhisha mu mitima yanyu.

إِن تُبۡدُواْ خَيۡرًا أَوۡ تُخۡفُوهُ أَوۡ تَعۡفُواْ عَن سُوٓءٖ فَإِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَفُوّٗا قَدِيرًا ١٤٩

149. Mu gihe mwogaragaza igikorwa ciza canke mukakigirira mu mpisho, canke mukagaragaza ikibi c'uwabagiriye nabi murondera kurenganurwa, canke mukamuharira nya kibi, ari na vyo vyiza cane, muramenya ko Imana Allah Yamye ari Nyenuguhariribicumuro, Mushoboravyose.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَكۡفُرُونَ بِٱللَّهِ وَرُسُلِهِۦ وَيُرِيدُونَ أَن يُفَرِّقُواْ بَيۡنَ ٱللَّهِ وَرُسُلِهِۦ وَيَقُولُونَ نُؤۡمِنُ بِبَعۡضٖ وَنَكۡفُرُ بِبَعۡضٖ وَيُرِيدُونَ أَن يَتَّخِذُواْ بَيۡنَ ذَٰلِكَ سَبِيلًا ١٥٠

150. Mu vy'ukuri, abagarariza bagahakana bivuye inyuma Imana Allah n'Intumwa zayo, mu bayahudi[1] no mu banaswara[2], bagashaka kuvangura hagati y'Imana Allah n'Intumwa zayo mu kwemera Imana Allah gusa, bagahakana Intumwa zose canke zimwe muri zo, bagaheza bakinamura bati: "Twemera zimwe muri zo tugahakana izindi", bagashaka kugira iryo vangura mu kwemera inzira n'idini ry'ubuhuvyi badukanye;

أُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡكَٰفِرُونَ حَقّٗاۚ وَأَعۡتَدۡنَا لِلۡكَٰفِرِينَ عَذَابٗا مُّهِينٗا ١٥١

151. Abo rero, ni bo bagarariji vy'ukuri. Twaranategekanirije abagarariji ibihano bisuzuguza.

[1] Bemeye Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) bahakana Intumwa Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) hamwe na Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

[2] Bemeye Intumwa Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) bahakana Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

152. Nayo abemeye Imana Allah n'Intumwa zayo zose, batigeze banavangura n'imwe muri zo, abo ni bo rero Imana Allah Izohembera ukwemera kwabo. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya mu baja bayo, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ بِٱللَّهِ وَرُسُلِهِۦ وَلَمۡ يُفَرِّقُواْ بَيۡنَ أَحَدٖ مِّنۡهُمۡ أُوْلَٰٓئِكَ سَوۡفَ يُؤۡتِيهِمۡ أُجُورَهُمۡۚ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورٗا رَّحِيمٗا ١٥٢

153. Ntumwa y'Imana! Abayahudi bahawe Igitabu, baragusaba ko wobereka igitangaro cemeza ko uri Intumwa vy'ukuri, ugaheza ukabamanurira Igitabu kivuye ku Mana Allah canditswe nka kurya kw'Imizingo yamanuriwe Intumwa Musa. Ico ntikigutangaze! Kuko ni ukuri ba sekuru barasavye Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) igihambaye gusumba ico bagusavye, baraheza bayisaba bati: "Enda twereke Imana Allah duheze tuyibonere ukuri kwamye", ni ho rero Imana Allah Yaca Ibahanisha umuriro ukabahitana bwa nkuba, bitewe n'ukuntu birenganije mu gusaba ivyo batarekuriwe. Mu nyuma y'aho Imana Allah Ibasubirije ubuzima, bafashe igishusho c'inyana bibumbiye, maze baragisenga, inyuma y'aho bamaze kwibonera Aayah n'ivyemezo bigaragaza ko Imana Allah ari Imwe Rudende, n'uko Musa ari Intumwa vy'ukuri. Bamaze kwigaya rero, Twebwe Allah Twarabahariye iryo bangikanyamana, Duha n'Intumwa Musa icemezo kigaragara cemeza ko ari Intumwa vy'ukuri;

يَسۡـَٔلُكَ أَهۡلُ ٱلۡكِتَٰبِ أَن تُنَزِّلَ عَلَيۡهِمۡ كِتَٰبٗا مِّنَ ٱلسَّمَآءِۚ فَقَدۡ سَأَلُواْ مُوسَىٰٓ أَكۡبَرَ مِن ذَٰلِكَ فَقَالُوٓاْ أَرِنَا ٱللَّهَ جَهۡرَةٗ فَأَخَذَتۡهُمُ ٱلصَّٰعِقَةُ بِظُلۡمِهِمۡۚ ثُمَّ ٱتَّخَذُواْ ٱلۡعِجۡلَ مِنۢ بَعۡدِ مَا جَآءَتۡهُمُ ٱلۡبَيِّنَٰتُ فَعَفَوۡنَا عَن ذَٰلِكَۚ وَءَاتَيۡنَا مُوسَىٰ سُلۡطَٰنٗا مُّبِينٗا ١٥٣

154. N'igihe badohoka kw'isezerano bahawe ryo kwubahiriza ibiri muri Tawurati, Twarareruye umusozi "Twuuri" hejuru yabo, Dushoka Tubabwiriza Duti: "Nimwinjire rero mu gisagara ceranda ca Bayti l-Maqdis mwubamiye Imana Allah, mwicishije bugufi", baraheza binjira bakurura ikibuno hasi. Twaranababwirije kandi Duti: "Ntimurenge kw'ibwirizwa ryo kutaroba kw'isabato", baraheza bararirengako. Twaranabahaye isezerano rihambaye bararidohokako.

وَرَفَعۡنَا فَوۡقَهُمُ ٱلطُّورَ بِمِيثَٰقِهِمۡ وَقُلۡنَا لَهُمُ ٱدۡخُلُواْ ٱلۡبَابَ سُجَّدٗا وَقُلۡنَا لَهُمۡ لَا تَعۡدُواْ فِي ٱلسَّبۡتِ وَأَخَذۡنَا مِنۡهُم مِّيثَٰقًا غَلِيظٗا ١٥٤

155. Abayahudi rero Twarabavumye bitewe no kutubahiriza isezerano bahawe; kugarariza Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah vyemeza ukuri kw'Intumwa zayo; kwica Abavugishwamana ku karenganyo; hamwe rero no kuvuga kwabo bigovyora bati: "Imitima yacu irugaye, ntiturota tukwumvira". Si nk'ukwo bibwira, ahubwo nyabuna Imana Allah Yaramaze kuziba imitima yabo ku kubera igarariza ryabo. Kubera ivyo rero, ntibarota bemera kiretse gake ata co kabamariye;

فَبِمَا نَقۡضِهِم مِّيثَٰقَهُمۡ وَكُفۡرِهِم بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَقَتۡلِهِمُ ٱلۡأَنۢبِيَآءَ بِغَيۡرِ حَقّٖ وَقَوۡلِهِمۡ قُلُوبُنَا غُلۡفُۢۚ بَلۡ طَبَعَ ٱللَّهُ عَلَيۡهَا بِكُفۡرِهِمۡ فَلَا يُؤۡمِنُونَ إِلَّا قَلِيلٗا ١٥٥

156. Twaranabavumye bitewe kandi n'igarariza n'imvugo bavuze kuri Mariyamu mw'irementanya risiga ubwenge ko yashurashuye, mu gihe ari ikinyoma ceruye;

وَبِكُفۡرِهِمۡ وَقَوۡلِهِمۡ عَلَىٰ مَرۡيَمَ بُهۡتَٰنًا عَظِيمٗا ١٥٦

وَقَوْلِهِمْ إِنَّا قَتَلْنَا ٱلْمَسِيحَ عِيسَى ٱبْنَ مَرْيَمَ رَسُولَ ٱللَّهِ وَمَا قَتَلُوهُ وَمَا صَلَبُوهُ وَلَٰكِن شُبِّهَ لَهُمْ ۚ وَإِنَّ ٱلَّذِينَ ٱخْتَلَفُوا۟ فِيهِ لَفِى شَكٍّ مِّنْهُ ۚ مَا لَهُم بِهِۦ مِنْ عِلْمٍ إِلَّا ٱتِّبَاعَ ٱلظَّنِّ ۚ وَمَا قَتَلُوهُ يَقِينًۢا ﴿١٥٧﴾

157. Hiyongeyeko ivyo bavuze ku gasuzuguro bihaya bati: “Mu vy’ukuri, twarishe Masihi Isa mwene Mariyamu, Intumwa y’Imana Allah!”. Banguha! Eka ntibigeze bamwica, eka mbere ntibigeze banamubamba ku musaraba, ahubwo babamvye umuntu yambitswe n’Imana Allah, ishusho ryiwe, baraheza bibaza ko ari we Isa. Mu vy’ukuri, abahazana[1] ku ngingo yo kwicwa kwiwe, barafise amakenga ko bamwishe koko, nta n’ubumenyi babifiseko kiretse ugukekeranya gusa. Kira noneho ntibigeze bamwica;

بَل رَّفَعَهُ ٱللَّهُ إِلَيْهِ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَزِيزًا حَكِيمًا ﴿١٥٨﴾

158. Ahubwo Imana Allah Yarareruye iwayo Intumwa Isa wese muzima adora, gutyo Imukiza abagarariji. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَإِن مِّنْ أَهْلِ ٱلْكِتَٰبِ إِلَّا لَيُؤْمِنَنَّ بِهِۦ قَبْلَ مَوْتِهِۦ ۖ وَيَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ يَكُونُ عَلَيْهِمْ شَهِيدًا ﴿١٥٩﴾

159. Mu bahawe Igitabu rero, nta n’umwe atazokwemera vy’ukuri Intumwa Isa (nyakugira amahoro y’Imana Allah) igihe yagarutse kw’isi mu bihe vy’iherezo, imbere yuko isango ryo guhwera kwayo rigera. Kandi ku musi w’izuka, Intumwa Isa (nyakugira amahoro y’Imana Allah) izobera icabona abayemeye muri bo, yagirize n’abayigararije mu kubeshuza ivyo bayirementanirije.

فَبِظُلْمٍ مِّنَ ٱلَّذِينَ هَادُوا۟ حَرَّمْنَا عَلَيْهِمْ طَيِّبَٰتٍ أُحِلَّتْ لَهُمْ وَبِصَدِّهِمْ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ كَثِيرًا ﴿١٦٠﴾

160. Twarazirirje ku bayahudi ivyiza mu mfungurwa zari ziziruye kuri bo, bitewe n’ukwirenganya kwabo mu gukora ivyaha rutura, no kuburagiza abantu kenshi ko bakurikira idini ry’Imana Allah rigororotse;

وَأَخْذِهِمُ ٱلرِّبَوٰا۟ وَقَدْ نُهُوا۟ عَنْهُ وَأَكْلِهِمْ أَمْوَٰلَ ٱلنَّاسِ بِٱلْبَٰطِلِ ۚ وَأَعْتَدْنَا لِلْكَٰفِرِينَ مِنْهُمْ عَذَابًا أَلِيمًا ﴿١٦١﴾

161. Hamwe no kwihereza inyungu izira (riba) kandi mu vy’ukuri bari barayibujijwe, no kwiha kuzirura kurya amatungo y’abantu badafiseko uburenganzira kandi bibujijwe. Abagararije Imana Allah n’Intumwa yayo muri bo, Twarabategekanirije ibihano bibabaza.

لَّٰكِنِ ٱلرَّٰسِخُونَ فِى ٱلْعِلْمِ مِنْهُمْ وَٱلْمُؤْمِنُونَ يُؤْمِنُونَ بِمَآ أُنزِلَ إِلَيْكَ وَمَآ أُنزِلَ مِن قَبْلِكَ ۚ وَٱلْمُقِيمِينَ ٱلصَّلَوٰةَ ۚ وَٱلْمُؤْتُونَ ٱلزَّكَوٰةَ وَٱلْمُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ سَنُؤْتِيهِمْ أَجْرًا عَظِيمًا ﴿١٦٢﴾

162. Ntumwa y’Imana! Ariko rero, abamenyi babushitse mu bayahudi banonosoye ingingo z’Imana Allah hamwe n’abemeramana, baremera ivyo wamanuriwe muri Qor’ani hamwe n’ivyamanuriwe izindi Ntumwa zo hambere yawe, nka Tawurati n’Injili; bakanatsimbataza n’isengesho ku mwanya waryo; bagatanga n’ishikanwa-bwirizwa; bakanemera Imana Imwe Rudende Allah hamwe n’umusi w’iherezo. Abo ni bo rero Twebwe Allah Tuzoha impembo ihambaye y’Ubwami bw’ijuru.

إِنَّآ أَوْحَيْنَآ إِلَيْكَ كَمَآ أَوْحَيْنَآ إِلَىٰ نُوحٍ وَٱلنَّبِيِّـۧنَ مِنۢ بَعْدِهِۦ ۚ وَأَوْحَيْنَآ إِلَىٰٓ إِبْرَٰهِيمَ وَإِسْمَٰعِيلَ وَإِسْحَٰقَ وَيَعْقُوبَ وَٱلْأَسْبَاطِ

163. Ntumwa y’Imana! Mu vy’ukuri, Twebwe Allah Twaraguhishuriye ko ushikiriza ubutumwa; nka kurya Twahishuriye Intumwa Nuhu be n’Abavugishwamana barungitswe mu nyuma zayo. Twaranahishuriye Ibrahimu,

[2] Bamwe muri bo bavuga bati: “Ni we yishwe”. Abandi na bo bati: “Si we yishwe”.

Ismayili, Is-haka, Yakubu be n'Intumwa rero zarungitswe mu ruvyaro rwiwe[1], Isa, Ayubu, Yunusu, Haruna na Sulaymani. Twaranahaye Dawudi Igitabu ca Zaburi[2];

وَعِيسَىٰ وَأَيُّوبَ وَيُونُسَ وَهَٰرُونَ وَسُلَيْمَٰنَ ۚ وَءَاتَيْنَا دَاوُۥدَ زَبُورًا ﴿١٦٣﴾

164. Twaranarungitse n'Intumwa Twamaze kukudondagurira ido n'ido amazina yazo, n'izindi Tutakudondaguriye ku mvo Tuzi. Imana Allah Yaranavuganye ukuri kwamye n'Intumwa Musa[3].

وَرُسُلًا قَدْ قَصَصْنَٰهُمْ عَلَيْكَ مِن قَبْلُ وَرُسُلًا لَّمْ نَقْصُصْهُمْ عَلَيْكَ ۚ وَكَلَّمَ ٱللَّهُ مُوسَىٰ تَكْلِيمًا ﴿١٦٤﴾

165. Jewe Allah rero Narungitse Intumwa ku biremwa, kugira zishikirize abemeramana inkuru ibahumuriza yo guhabwa Ubwami bw'ijuru, zongere zinagabishe abagarariji ku bihano vyo mu muriro, kugira ntihagire n'umwe mu biremwa aronka icitwazo co kwigobotoza ku Mana Allah inyuma y'irungikwa ry'izo Ntumwa. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

رُّسُلًا مُّبَشِّرِينَ وَمُنذِرِينَ لِئَلَّا يَكُونَ لِلنَّاسِ عَلَى ٱللَّهِ حُجَّةٌۢ بَعْدَ ٱلرُّسُلِ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَزِيزًا حَكِيمًا ﴿١٦٥﴾

166. Ntumwa y'Imana! Nihagira rero abakugarariza, Imana Allah Izoheza Ikubere Icabona ko wewe uri Intumwa yayo Yamanuriye Qor'ani ntagatifu, Yayimanuye ku bumenyi bwayo, kira noneho n'abamalayika bazokubera ivyabona ko ivyo wahishuriwe ari ukuri. Burya Imana Allah Irakwiye ubwayo kuba Icabona.

لَّٰكِنِ ٱللَّهُ يَشْهَدُ بِمَآ أَنزَلَ إِلَيْكَ ۖ أَنزَلَهُۥ بِعِلْمِهِۦ ۖ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةُ يَشْهَدُونَ ۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ شَهِيدًا ﴿١٦٦﴾

167. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, abagarariye bagahakana bivuye inyuma ko uri Intumwa y'ukuri, bakanaburagiza abantu kwinjira mu bwislamu, ni ukuri baramaze guhuba uguhuba kuri kure cane y'ukuri.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَصَدُّوا۟ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ قَدْ ضَلُّوا۟ ضَلَٰلًۢا بَعِيدًا ﴿١٦٧﴾

168. Mu vy'ukuri, abagararije Imana Allah n'Intumwa yayo, bagaheza bakirenganya mu gushishikara ata guhesha mu bugarariji, ntivyari gushika ko Imana Allah Ibagumiriza akabanga ku vyaha vyabo ngo Ibababarire, eka ntivyari no gushika ko Ibarongora mu nzira igororotse yotuma badahanwa;

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَظَلَمُوا۟ لَمْ يَكُنِ ٱللَّهُ لِيَغْفِرَ لَهُمْ وَلَا لِيَهْدِيَهُمْ طَرِيقًا ﴿١٦٨﴾

169. Kiretse inzira ibashikana mu muriro wa Jahannamu, bazowubamwo ibihe bidahera, mu bihano vyamaho. Kandi rero, ivyo ku Mana Allah biroroshe.

إِلَّا طَرِيقَ جَهَنَّمَ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدًا ۚ وَكَانَ ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ يَسِيرًا ﴿١٦٩﴾

170. Emwe bantu! Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaramaze kubazanira idini ry'ukuri ry'ubwislamu, rivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, nimuyemere rero muyikurikire, bizoba ari vyo vyiza kuri mwebwe. Nimwatsimbatara kw'igarariza ryanyu,

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ قَدْ جَآءَكُمُ ٱلرَّسُولُ بِٱلْحَقِّ مِن رَّبِّكُمْ فَـَٔامِنُوا۟ خَيْرًا لَّكُمْ ۚ وَإِن

[1] Ijambo "ASBAATW", risigura Intumwa n'Abavugishwamana barungitswe n'Imana Allah mu ruvyaro rwa Yakubu, ari na we batazira Israyeli. Urwo ruvyaro rwa Yakubu rero, rwahavuye ruvamwo imiryango canke amoko cumi n'abiri ya Bene Israyeli.

[2] "Zaburi", ni Igitabu n'Imizingo vyamanuriwe Intumwa Dawudi vyanditswe

[3] Iyi Aayah, irerekana ko Imana Allah Ivuga mu buryo bukwiranye n'icubahiro cayo, kandi ko Yavuganye n'Intumwa Musa ata muhuza aciye hagati.

muramenya ko Imana Allah Yikwije muri vyose kuko ari Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru no mw'isi. Burya Imana Allah Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Irazi ivyo muvuga n'ivyo mukora, Intungane mu vyo Ikora[1].

تَكۡفُرُواْ فَإِنَّ لِلَّهِ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلِيمًا حَكِيمًا ١٧٠

171. Emwe bahawe Igitabu c'Injili! Ntimukarenze urugero rw'ukwemera mw'idini ryanyu, kandi ntimukavuge ku vyerekeye Imana Allah, kiretse ukuri mu kutayomekera umugore canke umwana. Ni ukuri, Masihi Isa mwene Mariyamu, ni Intumwa y'Imana Allah vy'ukuri, si imana, si n'umwana w'Imana, yamuremye kw'ijambo ryayo Yarungikanye umumalayika Jibrili kwa Mariyamu Iti: "Ba", maze bica biba ukwo, rikaba ari na ryo nkomoko y'ubuzima "Roho" yavuye ku Mana Allah, maze ku bushobozi bwayo, Jibrili ayihuhira muri Mariyamu, Isa aca aba ikiremwa gikwiye. Nimwemere rero ko Imana Allah ari Imwe Rudende mwicishe bugufi kuri Yo, mwemere n'Intumwa zayo mu vyo zabashikirije muheze muvyubahirize, kandi ntimukabangikanye Imana Allah na Isa hamwe na nyina ngo muvyite ubutatu bweranda. Nimusige aho! Nimuteshwe mute kw'iyo mvugo, bizoba ari vyo vyiza cane gusumba kuri mwebwe. Ni ukuri, Allah ni Imana Imwe Rudende, ininahazwa ni iryayo, ntikitirirwe umwana! Imana Allah ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo, burya Imana Allah Irakwiye kuba ari Yo Muhagarikizi Atunganya ubuzima n'uburyo bwo kubeshaho ibiremwa.

يَٰٓأَهۡلَ ٱلۡكِتَٰبِ لَا تَغۡلُواْ فِي دِينِكُمۡ وَلَا تَقُولُواْ عَلَى ٱللَّهِ إِلَّا ٱلۡحَقَّۚ إِنَّمَا ٱلۡمَسِيحُ عِيسَى ٱبۡنُ مَرۡيَمَ رَسُولُ ٱللَّهِ وَكَلِمَتُهُۥٓ أَلۡقَىٰهَآ إِلَىٰ مَرۡيَمَ وَرُوحٞ مِّنۡهُۖ فَـَٔامِنُواْ بِٱللَّهِ وَرُسُلِهِۦۖ وَلَا تَقُولُواْ ثَلَٰثَةٌۚ ٱنتَهُواْ خَيۡرٗا لَّكُمۡۚ إِنَّمَا ٱللَّهُ إِلَٰهٞ وَٰحِدٞۖ سُبۡحَانَهُۥٓ أَن يَكُونَ لَهُۥ وَلَدٞ لَّهُۥ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلۡأَرۡضِۗ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ وَكِيلٗا ١٧١

172. Masihi Isa, ntarota namba yanka kuba umuja w'Imana Allah, kira noneho n'abamalayika batonye ku Mana Allah, ntibarota banka kwemanga isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah. Uwo wese rero muri bo, yorota yanka kwiyegereza Imana Allah mu vyo akora vyose, akanagira amanyama mu kutayisenga ari Imwe Rudende, nta nkeka ko Imana Allah Izobegeraniriza iwayo bose ku musi w'izuka, Iheze Ibacire urugororotse, Ihembere umwe wese ico yakoze.

لَّن يَسۡتَنكِفَ ٱلۡمَسِيحُ أَن يَكُونَ عَبۡدٗا لِّلَّهِ وَلَا ٱلۡمَلَٰٓئِكَةُ ٱلۡمُقَرَّبُونَۚ وَمَن يَسۡتَنكِفۡ عَنۡ عِبَادَتِهِۦ وَيَسۡتَكۡبِرۡ فَسَيَحۡشُرُهُمۡ إِلَيۡهِ جَمِيعٗا ١٧٢

173. Abemeye rero Imana Allah bakanakora n'ivyiza bitegetswe, Imana Allah Izobatunganiriza bikwiye impembo y'ivyo bakoze, Iteko Ibongerereko mu mpano zayo. Nayo abanse kwumvira Imana Allah bakanagira amanyama mu kutayisenga ari Imwe Rudende, Imana Allah Izobaha ibihano bibabaza, nta n'umuhagarikizi bazoronka atari Imana Allah abakura mu bihano, eka nta n'umutabazi bazoronka abibakingira.

فَأَمَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ فَيُوَفِّيهِمۡ أُجُورَهُمۡ وَيَزِيدُهُم مِّن فَضۡلِهِۦۖ وَأَمَّا ٱلَّذِينَ ٱسۡتَنكَفُواْ وَٱسۡتَكۡبَرُواْ فَيُعَذِّبُهُمۡ عَذَابًا أَلِيمٗا وَلَا يَجِدُونَ لَهُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ وَلِيّٗا وَلَا نَصِيرٗا ١٧٣

[1] Iyi Aayah, ni icemezo c'uko Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarungitswe ku bantu bose.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ قَدۡ جَآءَكُم بُرۡهَٰنٞ مِّن رَّبِّكُمۡ وَأَنزَلۡنَآ إِلَيۡكُمۡ نُورٗا مُّبِينٗا ١٧٤

174. Emwe bantu! Ni ukuri, icemezo co kurungikwa kw'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, caramaze kubashikira; Twaranabamanuriye n'Igitabu ca Qor'ani kugira kibabere umuco ubagaragariza uburongozi nyabwo.

فَأَمَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ بِٱللَّهِ وَٱعۡتَصَمُواْ بِهِۦ فَسَيُدۡخِلُهُمۡ فِي رَحۡمَةٖ مِّنۡهُ وَفَضۡلٖ وَيَهۡدِيهِمۡ إِلَيۡهِ صِرَٰطٗا مُّسۡتَقِيمٗا ١٧٥

175. Abemeye rero Imana Imwe Rudende Allah bakanagumya n'umuco bamanuriwe muri Qor'ani, Imana Allah Izobinjiza mu Bwami bw'ijuru ku mpuhwe n'impano zayo, Iteko Ibashoboze gukurikira inzira igororotse ibashikana ku gushimwa na Yo.

يَسۡتَفۡتُونَكَ قُلِ ٱللَّهُ يُفۡتِيكُمۡ فِي ٱلۡكَلَٰلَةِۚ إِنِ ٱمۡرُؤٌاْ هَلَكَ لَيۡسَ لَهُۥ وَلَدٞ وَلَهُۥٓ أُخۡتٞ فَلَهَا نِصۡفُ مَا تَرَكَۚ وَهُوَ يَرِثُهَآ إِن لَّمۡ يَكُن لَّهَا وَلَدٞۚ فَإِن كَانَتَا ٱثۡنَتَيۡنِ فَلَهُمَا ٱلثُّلُثَانِ مِمَّا تَرَكَۚ وَإِن كَانُوٓاْ إِخۡوَةٗ رِّجَالٗا وَنِسَآءٗ فَلِلذَّكَرِ مِثۡلُ حَظِّ ٱلۡأُنثَيَيۡنِۗ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمۡ أَن تَضِلُّواْۗ وَٱللَّهُ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمُۢ ١٧٦

176. Muvugishwamana! Barakubaza ku vyerekeye ibisigi vy'uwapfuye yari ingumba atakigira n'abavyeyi. Bishure ko Imana Allah Ibatomorera ingingo y'ivyo bisigi. Mu gihe rero umuntu yopfa atagira umwana canke umuvyeyi, akaba afise mushikiwe basangiye abavyeyi canke basangiye se gusa, uyo mushikiwe araheza agatorana igice c'ibisigi, uyo musazawe na we agatorana ibisigi vyose vya mushikiwe basangiye abavyeyi canke se gusa, mu gihe mushikiwe yopfa adasize umwana canke umuvyeyi. Mu gihe umuntu apfuye yari ingumba atakigira n'abavyeyi, akaba afise bashikiwe babiri, baraheza bagatorana bibiri vya gatatu vy'ibisigi. Mu gihe yoba naho afise benewabo basangiye se gusa na bashikiwe basangiye abavyeyi, benewabo baraheza bagatorana ibigwijwe na kabiri vy'ivyo bashikiwe batoranye. Imana Allah Ibatomorera uburyo bwo kugabura ibisigi, n'ingingo zerekeye igaburwa ry'ibisigi vy'uwapfuye yari ingumba atakigira n'abavyeyi, kugira ntimuyoberwe uburyo bwo kwubahiriza uburenganzira bw'umwe wese afise ku bisigi, kandi rero burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi iherezo ry'ibintu vyose n'ineza irimwo ku biremwa.

5. Al-Maa-ida (Imeza y'imfungurwa)
Aayah 120, Madina

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَوۡفُواْ بِٱلۡعُقُودِۚ أُحِلَّتۡ لَكُم بَهِيمَةُ ٱلۡأَنۡعَٰمِ إِلَّا مَا يُتۡلَىٰ عَلَيۡكُمۡ غَيۡرَ مُحِلِّي ٱلصَّيۡدِ وَأَنتُمۡ حُرُمٌۗ إِنَّ ٱللَّهَ يَحۡكُمُ مَا يُرِيدُ ١

1. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwubahirize amasezerano y'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, mu kubungabunga no gushikiriza imbitso bene zo; mwubahiriza n'amasezerano y'ubuguzi hagati yanyu, n'ay'ibindi bidaciye kubiri n'ingingo ziri mu Gitabu ca Qor'ani no mu nyigisho n'imigenzo vy'intumwa.

Mwaraziruriwe gufungura inyama za bimwe mu bitungwa, na zo ni inyama y'ingamiya, iy'inka n'iy'intungwa, havuyemwo ivyo mwatomorewe n'Imana Allah ko bizira gufungurwa mu ntumvyi[1], ikiremve[2] n'ibindi, kugira uruhigi mu gihe mwamaze kuzirikana ishengerera canke igendera ry'ingoro ntagatifu mukambara n'urubega, canke muri mu karere gatagatifu ka Makka. Mu vy'ukuri, Imana Allah Ibwiriza ivyo Ishaka mu ntumbero nziza kandi itunganye.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تُحِلُّواْ شَعَٰٓئِرَ ٱللَّهِ وَلَا ٱلشَّهۡرَ ٱلۡحَرَامَ وَلَا ٱلۡهَدۡيَ وَلَا ٱلۡقَلَٰٓئِدَ وَلَآ ءَآمِّينَ ٱلۡبَيۡتَ ٱلۡحَرَامَ يَبۡتَغُونَ فَضۡلٗا مِّن رَّبِّهِمۡ وَرِضۡوَٰنٗاۚ وَإِذَا حَلَلۡتُمۡ فَٱصۡطَادُواْۚ وَلَا يَجۡرِمَنَّكُمۡ شَنَـَٔانُ قَوۡمٍ أَن صَدُّوكُمۡ عَنِ ٱلۡمَسۡجِدِ ٱلۡحَرَامِ أَن تَعۡتَدُواْۘ وَتَعَاوَنُواْ عَلَى ٱلۡبِرِّ وَٱلتَّقۡوَىٰۖ وَلَا تَعَاوَنُواْ عَلَى ٱلۡإِثۡمِ وَٱلۡعُدۡوَٰنِۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَۖ إِنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلۡعِقَابِ ٢

2. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukarenge ku mabwirizwa y'Imana Allah no ku bimenyetso vyo kuyubaha[3]; ntimukanarwane[4] mu mezi matagatifu[5]; ntimukihe na kimwe ku mbagwa; ntimukihagire imbagwa mu bitungwa vyagenewe abakene basanzwe bacumbitse i Makka; ntimukarwanye abaje bagana ingoro ntagatifu barondera impano mu vyobabeshaho bivuye ku Mana yabo Rurema Allah bikanayishimisha. Nimwamara kurekurirwa kugira ivyari bibujijwe mu gihe mwambaye urubega, muzoba murekuriwe kugira uruhigi. Urwanko mufitiye abigeze kubabuza kwinjira i Makka[6], ntiruzobabuze kubatunganiriza. Bemeramana! Muraheza rero mufashanye gukora ivyiza n'ibikorwa vy'igamburukiramana, ntimugafashanye gukora ibituma mugwa mu vyaha no kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, muheze rero kandi mwiyubare guca kubiri n'amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irahana Igahasha abaca kubiri n'amabwirizwa yayo.

حُرِّمَتۡ عَلَيۡكُمُ ٱلۡمَيۡتَةُ وَٱلدَّمُ وَلَحۡمُ ٱلۡخِنزِيرِ وَمَآ أُهِلَّ لِغَيۡرِ ٱللَّهِ بِهِۦ وَٱلۡمُنۡخَنِقَةُ وَٱلۡمَوۡقُوذَةُ وَٱلۡمُتَرَدِّيَةُ وَٱلنَّطِيحَةُ وَمَآ أَكَلَ ٱلسَّبُعُ إِلَّا مَا ذَكَّيۡتُمۡ وَمَا ذُبِحَ عَلَى ٱلنُّصُبِ وَأَن تَسۡتَقۡسِمُواْ بِٱلۡأَزۡلَٰمِۚ ذَٰلِكُمۡ فِسۡقٌۗ ٱلۡيَوۡمَ يَئِسَ ٱلَّذِينَ

3. Vyaraziririjwe kuri mwebwe kurya intumvyi, ikiremve, inyama y'ingurube, iy'icavugiweko izina ritari iry'Imana Allah mu gihe co kugikerera, iy'icanizwe kigapfa, iy'icakubiswe gushika aho gipfa, iy'icahanantutse kigapfa, hamwe rero n'iy'icacumiswe ihembe n'ikindi kigapfa. Vyaranaziririjwe kuri mwebwe kurya ibitungwa vyariwe n'inyamaswa[7], kiretse mu gihe mwobikerera bitaradenduka. Vyaraziririjwe kuri mwebwe gufungura ivyabagiwe ibigirwamana hamwe no gusokora imyampi

[1] Igitungwa capfuye kidakerewe mu buryo bwemewe mu bwislamu.
[2] Ikiremve, ni ubuseri, na bwo ni amaraso y'igitungwa atetswe, yaba ari ay'icakerewe canke icarashwe kikavomwa amaraso.
[3] Mu gihe c'ishengerera canke c'igendera ry'ingoro ntagatifu.
[4] Iyi ngingo yo kutarwana muri ayo mezi matagatifu, yarubahirizwa n'imbere yuko ubwislamu buyigira ibwirizwa.
[5] Ayo mezi, ni ukwezi kwa 11 kwa Dhu l-Qa'da, n'ukwa 12 kwa Dhu l-Hijja, n'ukwa 1 kwa Muharram, hamwe rero n'ukwa 7 kwa Rajab mu kirangamisi c'ikislamu.
[6] Mu mwaka witiriwe amasezerano ya Al-Hudaybiyya.
[7] Nk'intambwe, ingwe n'imbwebwe.

كَفَرُواْ مِن دِينِكُمۡ فَلَا تَخۡشَوۡهُمۡ وَٱخۡشَوۡنِۚ ٱلۡيَوۡمَ أَكۡمَلۡتُ لَكُمۡ دِينَكُمۡ وَأَتۡمَمۡتُ عَلَيۡكُمۡ نِعۡمَتِي وَرَضِيتُ لَكُمُ ٱلۡإِسۡلَٰمَ دِينٗاۚ فَمَنِ ٱضۡطُرَّ فِي مَخۡمَصَةٍ غَيۡرَ مُتَجَانِفٖ لِّإِثۡمٖ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٣

mu ndaha mu ntumbero yo kumenya ico mwokora muri kazoza. Ukugira ivyo bizira rero, ni ubugaba butuma murenga kw'ibwirizwa ry'Imana Allah. Ubu rero abagararije, baramaze kwihebura ko mwovavanura n'idini ryanyu mukarivamwo inyuma y'aho mubatsindiye. Kubera ivyo rero ntimukabatinye, nyabuna nimuntinye Jewe Allah. Kuri uno musi, idini ryanyu ry'ubwislamu Ndaribakwirije ku kubashikana ku ntsinzi, Ndabatunganirije n'inema zanje ku kubakura mu muzimagiza, Nkabashira mu muco w'ukwemera, kira noneho, Naramaze kubahitiramwo ubwislamu kuba ari ryo dini ryanyu, nimuritsimbatareko rero. Ariko rero uwishwe n'inzara, bikaba ngombwa kuri we kurya intumvyi, atarondera gukora n'ibigirankana icaha, ararekuriwe kuyikorako mu kwikiza nya nzara. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَسۡـَٔلُونَكَ مَاذَآ أُحِلَّ لَهُمۡۖ قُلۡ أُحِلَّ لَكُمُ ٱلطَّيِّبَٰتُ وَمَا عَلَّمۡتُم مِّنَ ٱلۡجَوَارِحِ مُكَلِّبِينَ تُعَلِّمُونَهُنَّ مِمَّا عَلَّمَكُمُ ٱللَّهُۖ فَكُلُواْ مِمَّآ أَمۡسَكۡنَ عَلَيۡكُمۡ وَٱذۡكُرُواْ ٱسۡمَ ٱللَّهِ عَلَيۡهِۖ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَۚ إِنَّ ٱللَّهَ سَرِيعُ ٱلۡحِسَابِ ٤

4. Ntumwa y'Imana! Ingendanyi zawe zirakubaza ku vyerekeye ivyo zirekuriwe kwikorako mu mfungurwa! Zishure uti: "Murekuriwe gufungura ivyiza bibaryoheye bitazira, ibihigwa vyafashwe n'inyamaswa mwamenyereje gufatisha inzara n'amenyo mu ruhigi [1], mukazigisha uburyo bwo guhiga mwigishijwe n'Imana Allah mu gucakira canke gukomeretsa gusa, ntizinige", muraheza rero mufungure ku vyo zabahigiye, muvuge n'Izina ry'Imana Allah mu gihe co kuzirekurira ku gihigwa, maze mutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri, Imana Allah Iranyarutsa mu guharurira no mu guhemba ibiremwa vyayo.

ٱلۡيَوۡمَ أُحِلَّ لَكُمُ ٱلطَّيِّبَٰتُۖ وَطَعَامُ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلۡكِتَٰبَ حِلّٞ لَّكُمۡ وَطَعَامُكُمۡ حِلّٞ لَّهُمۡۖ وَٱلۡمُحۡصَنَٰتُ مِنَ ٱلۡمُؤۡمِنَٰتِ وَٱلۡمُحۡصَنَٰتُ مِنَ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلۡكِتَٰبَ مِن قَبۡلِكُمۡ إِذَآ ءَاتَيۡتُمُوهُنَّ أُجُورَهُنَّ مُحۡصِنِينَ غَيۡرَ مُسَٰفِحِينَ وَلَا مُتَّخِذِيٓ أَخۡدَانٖۗ وَمَن يَكۡفُرۡ بِٱلۡإِيمَٰنِ فَقَدۡ حَبِطَ عَمَلُهُۥ وَهُوَ فِي ٱلۡأٓخِرَةِ مِنَ ٱلۡخَٰسِرِينَ ٥

5. Bemeramana! Kuri uno musi rero, biri mu gukwirizwa inema, kuba murekuriwe gufungura ivyiza bibaryoheye bitazira, muranarekuriwe kandi gufungura ibibagwa vy'abahawe Igitabu mu bayahudi no mu banaswara, mu gihe vyokererwa hisunzwe amabwirizwa yabo; na bo nyene bararekuriwe gufungura ibibagwa vyanyu. Muranarekuriwe kwabira abakenyezi bigenga mu bemeramanakazi badashurashura muri mwebwe. Vyongeye, murarekuriwe no kwabira abakenyezi bigenga, badashurashura mu bahawe Igitabu aho hambere yanyu, mu gihe mwobakwa mu ntumbero yo kwubakana na bo bidaciye mu gushurashura, kibure mu kubagira abahabara. Ivyo rero, mubirekuriwe mu gihe mwobona ko bitobatsitaza mu kwemera kwanyu. Uwo wese rero azogarariza mu guhakana yivuye inyuma amabwirizwa y'ukwemera, ni ukuri ibikorwa vyiwe bizohunguruka bicike

[1] Nk'imbwa, agaca n'ibindi.

impfagusa, kandi na we nyene azoba ari mu bahomvye mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا قُمۡتُمۡ إِلَى ٱلصَّلَوٰةِ فَٱغۡسِلُواْ وُجُوهَكُمۡ وَأَيۡدِيَكُمۡ إِلَى ٱلۡمَرَافِقِ وَٱمۡسَحُواْ بِرُءُوسِكُمۡ وَأَرۡجُلَكُمۡ إِلَى ٱلۡكَعۡبَيۡنِۚ وَإِن كُنتُمۡ جُنُبٗا فَٱطَّهَّرُواْۚ وَإِن كُنتُم مَّرۡضَىٰٓ أَوۡ عَلَىٰ سَفَرٍ أَوۡ جَآءَ أَحَدٞ مِّنكُم مِّنَ ٱلۡغَآئِطِ أَوۡ لَٰمَسۡتُمُ ٱلنِّسَآءَ فَلَمۡ تَجِدُواْ مَآءٗ فَتَيَمَّمُواْ صَعِيدٗا طَيِّبٗا فَٱمۡسَحُواْ بِوُجُوهِكُمۡ وَأَيۡدِيكُم مِّنۡهُۚ مَا يُرِيدُ ٱللَّهُ لِيَجۡعَلَ عَلَيۡكُم مِّنۡ حَرَجٖ وَلَٰكِن يُرِيدُ لِيُطَهِّرَكُمۡ وَلِيُتِمَّ نِعۡمَتَهُۥ عَلَيۡكُمۡ لَعَلَّكُمۡ تَشۡكُرُونَ ٦

6. Bemeramana! Igihe mushatse guhaguruka muja gusenga mudakwije isuku ryo gusenga, muraheza mutunganye isuku ryo gusenga, maze mwoze mu maso no ku maboko yanyu kugera haruguru y'inkokora, muhanagure ku mutwe, mushoke mwoza amaguru yanyu kugera haruguru y'ijisho ry'ikirenge. Nimwashikirwa n'ibihumanya bikuru bituma mwiyuhagira, muraheza mwiyuhagire n'amazi imbere yuko musenga. Nimwaba naho murwaye indwara ibabuza gukoresha amazi mu kwiyuhagira, canke muri ku rugendo mukayabura, canke hakaba muri mwebwe uwuvuye kwituma canke kwihagarika, canke mukaba mwaranguye amabanga y'abubatse hanyuma mukabura amazi yo kwiyuhagira, canke mugatinya ingaruka yo kuyakoresha, muri ico gihe rero, murashoka mukoresha ivu ryiza mu kwihumanura, murakubita ibiganza kuri nya vu muce mubihanaguza mu maso no ku maboko. Imana Allah ntishaka kubaremereza mu kwihumanura mukoresheje amazi, ahubwo Ishaka kuborohereza mu kubarekurira kwihumanura mukoresheje ivu, no kubakwiriza rero inema zayo kugira muyishimire;

وَٱذۡكُرُواْ نِعۡمَةَ ٱللَّهِ عَلَيۡكُمۡ وَمِيثَٰقَهُ ٱلَّذِي وَاثَقَكُم بِهِۦٓ إِذۡ قُلۡتُمۡ سَمِعۡنَا وَأَطَعۡنَاۖ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمُۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ٧

7. Muraheza rero mwibuke inema mwahawe n'Imana Allah mu vyo Yababwirije, mwibuke n'isezerano ryayo Yabahaye ryo kwemera Imana Allah n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), igihe mwemanga mu kuvuga muti: "Twumvise kandi twumviye Imana Allah n'Intumwa", maze mutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irazi ibinyegejwe mu mishaha yanyu.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ كُونُواْ قَوَّٰمِينَ لِلَّهِ شُهَدَآءَ بِٱلۡقِسۡطِۖ وَلَا يَجۡرِمَنَّكُمۡ شَنَـَٔانُ قَوۡمٍ عَلَىٰٓ أَلَّا تَعۡدِلُواْۚ ٱعۡدِلُواْ هُوَ أَقۡرَبُ لِلتَّقۡوَىٰۖ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَۚ إِنَّ ٱللَّهَ خَبِيرُۢ بِمَا تَعۡمَلُونَ ٨

8. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimube abahagarikizi vy'ukuri ku vyo mushinzwe ku bw'Imana Allah, mube n'ivyabona vy'intungane ata nkunzi. Urwanko mufitiye abantu ntiruzobabuze kubatunganiriza canke kubabera ivyabona. Nimutunganirize rero abansi banyu co kimwe n'abakunzi banyu ata ho muhengamiye. Ukwo gutunganiriza abantu ata nkunzi, ni vyo bibegereza kw'igamburukiramana, nimutinye rero Imana Allah mu kwiyubara kurenganya. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mukora, Izonabibahembera.

9. Imana Allah Yarahaye isezerano abayemeye bakemera n'Intumwa yayo, bakanakora n'ivyiza bitegetswe, ko Ibagumiriza akabanga ku vyaha vyabo ntibibahanire, n'uko Izobahembera ivyo bakoze, Ikabaha impembo ihambaye y'Ubwami bw'ijuru, burya Imana Allah ntirenga kw'isezerano.

وَعَدَ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَهُم مَّغۡفِرَةٞ وَأَجۡرٌ عَظِيمٞ ٩

10. Abagararije mu guhakana bivuye inyuma ko Imana Allah ari Imwe Rudende, bakanahakana Aayah n'ivyemezo vyazanwe n'Intumwa zayo vyerekana ko ari Imwe Rudende, abo ni bo bantu rero bo mu muriro ururumba.

وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَكَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَآ أُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلۡجَحِيمِ ١٠

11. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwibuke inema yo gutekana mugatekanirwa mwahawe n'Imana Allah, igihe Itera ubwoba mu mitima y'abansi banyu bashaka kubatera maze ntibabatera. Nimutinye rero Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, muheze mwiyubare n'ibihano vyayo. Abemeramana vy'ukuri rero, nibishimikize gusa Imana Allah mu vyo bakora, bayizere.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱذۡكُرُواْ نِعۡمَتَ ٱللَّهِ عَلَيۡكُمۡ إِذۡ هَمَّ قَوۡمٌ أَن يَبۡسُطُوٓاْ إِلَيۡكُمۡ أَيۡدِيَهُمۡ فَكَفَّ أَيۡدِيَهُمۡ عَنكُمۡۖ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَۚ وَعَلَى ٱللَّهِ فَلۡيَتَوَكَّلِ ٱلۡمُؤۡمِنُونَ ١١

12. Ni ukuri, Imana Allah Yarahaye Bene Israyeli isezerano rihambaye ryo kuyumvira, bakumvira n'Intumwa yayo, bakubahiriza n'ibiri muri Tawurati. Twebwe Allah Twaranabwirije Intumwa Musa ko yobagenera indongozi cumi na zibiri z'inararibonye, zihagarikira iyubahirizwa ry'iryo sezerano mu miryango cumi n'ibiri ya Bene Israyeli, gutyo Imana Allah Ibabwira Iti: "Jewe Allah, mu vy'ukuri Ndi kumwe na mwe mu kubacungera no mu kubatabara. Nimwatsimbataza isengesho, mugatanga n'ishikanwa-bwirizwa, mukemera n'Intumwa zanje mukanazishigikira, mukagurana Imana Allah ingurane nziza mu gutanga mu nzira yayo, ni ukuri Nzobababarira ibicumuro n'ivyaha vyanyu, ni ukuri Nzonabinjiza mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi. Uwo wese rero azogarariza muri mwebwe akarenga kuri iri sezerano, ni ukuri azoba yahuvye inzira y'ukuri";

۞وَلَقَدۡ أَخَذَ ٱللَّهُ مِيثَٰقَ بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ وَبَعَثۡنَا مِنۡهُمُ ٱثۡنَيۡ عَشَرَ نَقِيبٗاۖ وَقَالَ ٱللَّهُ إِنِّي مَعَكُمۡۖ لَئِنۡ أَقَمۡتُمُ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتَيۡتُمُ ٱلزَّكَوٰةَ وَءَامَنتُم بِرُسُلِي وَعَزَّرۡتُمُوهُمۡ وَأَقۡرَضۡتُمُ ٱللَّهَ قَرۡضًا حَسَنٗا لَّأُكَفِّرَنَّ عَنكُمۡ سَيِّـَٔاتِكُمۡ وَلَأُدۡخِلَنَّكُمۡ جَنَّٰتٖ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُۚ فَمَن كَفَرَ بَعۡدَ ذَٰلِكَ مِنكُمۡ فَقَدۡ ضَلَّ سَوَآءَ ٱلسَّبِيلِ ١٢

13. Abayahudi rero Twarabavumye bitewe no kutubahiriza isezerano bahawe, maze n'imitima yabo Tuyigira imitima y'agatimatare, ntibanyurwa n'ukwemera. Bahindagura amajambo y'Imana Allah ari muri Tawurati uko atari [1], baranaretse bimwe mu vyo bibukijwe, ntibavyubahiriza. Ntumwa y'Imana! Ntuzoreka kuguma ubona ubuhemu

فَبِمَا نَقۡضِهِم مِّيثَٰقَهُمۡ لَعَنَّٰهُمۡ وَجَعَلۡنَا قُلُوبَهُمۡ قَٰسِيَةٗۖ يُحَرِّفُونَ ٱلۡكَلِمَ عَن مَّوَاضِعِهِۦ وَنَسُواْ حَظّٗا مِّمَّا ذُكِّرُواْ بِهِۦۚ وَلَا تَزَالُ تَطَّلِعُ عَلَىٰ خَآئِنَةٖ مِّنۡهُمۡ إِلَّا قَلِيلٗا

[1] Abahuvye, bagerageza gushika ku vyo bipfuza babicishije mu guhindagura amajambo y'Imana Allah, bakanayasigura uko atari. Iyo bitabashobokeye ku kubera nya majambo adahuye n'ivyipfuzo vyabo, baraheza bagaheba burundu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah, kiretse bake muri bo.

مِّنْهُمْ فَٱعْفُ عَنْهُمْ وَٱصْفَحْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿١٣﴾

bwabo kuko ari yo ngeso barazwe na ba sekuru babo, kiretse bake muri bo, uraheza rero ubaharire kw'ibana ribi ryabo, ubababarire. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irakunda abagwaneza mu guharira no kubabarira ababagiriye nabi;

وَمِنَ ٱلَّذِينَ قَالُوٓاْ إِنَّا نَصَٰرَىٰٓ أَخَذْنَا مِيثَٰقَهُمْ فَنَسُواْ حَظًّا مِّمَّا ذُكِّرُواْ بِهِۦ فَأَغْرَيْنَا بَيْنَهُمُ ٱلْعَدَاوَةَ وَٱلْبَغْضَآءَ إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ ۚ وَسَوْفَ يُنَبِّئُهُمُ ٱللَّهُ بِمَا كَانُواْ يَصْنَعُونَ ﴿١٤﴾

14. Twaranahaye abavuze bati: "Mu vy'ukuri, twebwe turi abanaswara dukurikira Intumwa Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah)", isezerano ryabo ryuko bemera iyo Ntumwa barungikiwe banayishigikire, baraheza bahindura idini ryabo, mu kureka bimwe mu vyo bibukijwe, ntibavyubahiriza, nka kurya nyene Bene Israyeli babigenjeje, Duca Tubiba urwanko n'inzigo vyamaho hagati yabo gushika ku musi w'umuhero w'isi. Kandi rero ku musi w'iharurirwa, Imana Allah Izoheza Ibabwire ibintu bibi bari barakoze kw'isi, Inabibahanire.

يَٰٓأَهْلَ ٱلْكِتَٰبِ قَدْ جَآءَكُمْ رَسُولُنَا يُبَيِّنُ لَكُمْ كَثِيرًا مِّمَّا كُنتُمْ تُخْفُونَ مِنَ ٱلْكِتَٰبِ وَيَعْفُواْ عَن كَثِيرٍ ۚ قَدْ جَآءَكُم مِّنَ ٱللَّهِ نُورٌ وَكِتَٰبٌ مُّبِينٌ ﴿١٥﴾

15. Emwe bahawe Igitabu! Ni ukuri Intumwa yacu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaramaze kubashikira, ibatomorera vyinshi mu vyo mwahora munyegeza abantu ngo ntibabimenye biri muri Tawurati n'Injili, iranirengagiza guserura vyinshi ata co vyishe. Ni ukuri mwaramaze gushikirwa n'umuco uvuye ku Mana Allah, hamwe rero n'Igitabu gitomoye ca Qor'ani;

يَهْدِى بِهِ ٱللَّهُ مَنِ ٱتَّبَعَ رِضْوَٰنَهُۥ سُبُلَ ٱلسَّلَٰمِ وَيُخْرِجُهُم مِّنَ ٱلظُّلُمَٰتِ إِلَى ٱلنُّورِ بِإِذْنِهِۦ وَيَهْدِيهِمْ إِلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿١٦﴾

16. Hakoreshejwe ico Gitabu ca Qor'ani rero, Imana Allah Irongora abagenzwa no gushimwa na Yo mu nzira zibashikana kw'iteka n'itekane n'amahoro, ku burenganzira bwayo rero Igaheza Ikabakura mu muzimagiza w'ubugarariji, Ikabaganisha ku muco w'ukwemera, Ikanabashoboza gukurikira inzira igororotse y'ubwislamu.

لَّقَدْ كَفَرَ ٱلَّذِينَ قَالُوٓاْ إِنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلْمَسِيحُ ٱبْنُ مَرْيَمَ ۚ قُلْ فَمَن يَمْلِكُ مِنَ ٱللَّهِ شَيْـًٔا إِنْ أَرَادَ أَن يُهْلِكَ ٱلْمَسِيحَ ٱبْنَ مَرْيَمَ وَأُمَّهُۥ وَمَن فِى ٱلْأَرْضِ جَمِيعًا ۗ وَلِلَّهِ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَمَا بَيْنَهُمَا ۚ يَخْلُقُ مَا يَشَآءُ ۚ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿١٧﴾

17. Abavuze ko Imana Allah ari we Masihi Isa mwene Mariyamu, ni ukuri baramaze kugarariza. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mbega none, ni nde yoshobora gukingira urupfu Masihi mwene Mariyamu be na nyina wiwe, mu gihe Imana Allah Yoshaka ko bapfa bompi hamwe n'ibiremwa vyose biri kw'isi[1]! Eka nta n'umwe yoshobora kubakingira urupfu, kuko burya Imana Allah ni Yo Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri

[1] Iyo rero Masihi mwene Mariyamu aba ari imana vy'ukuri, yokwikingiye urupfu ntapfe. Yari no gukingira urupfu nyina wiwe Mariyamu, ntapfe, ariko rero ntiyashoboye kumukingira urwo rupfu, kuko we hamwe na nyina, ni ibiremwa muri Bene Adamu.

vyo, Irema ico Ishatse kikaba. Imana Allah ni Mushoboravyose[1].

وَقَالَتِ ٱلۡيَهُودُ وَٱلنَّصَٰرَىٰ نَحۡنُ أَبۡنَٰٓؤُاْ ٱللَّهِ وَأَحِبَّٰٓؤُهُۥۚ قُلۡ فَلِمَ يُعَذِّبُكُم بِذُنُوبِكُمۖ بَلۡ أَنتُم بَشَرٞ مِّمَّنۡ خَلَقَۚ يَغۡفِرُ لِمَن يَشَآءُ وَيُعَذِّبُ مَن يَشَآءُۚ وَلِلَّهِ مُلۡكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَمَا بَيۡنَهُمَاۖ وَإِلَيۡهِ ٱلۡمَصِيرُ ١٨

18. Abayahudi n'abanaswara barinamuye bavuga bigamba bati: "Twebwe turi abana b'Imana Allah tukaba n'abakunzi bayo". Ntumwa y'Imana! Bakurire inkoni ku gishitsi ubabwire uti: "Nivyaba biri nk'ukwo muvuga, none ni kuki Imana Allah Ibahanira ivyaha vyanyu nimwaba koko muri abakunzi bayo! Muranguha! Ahubwo mwebwe muri ibiremwa nk'ibindi muri Bene Adamu, muzorihwa iciza ku ciza, murihwe n'ikibi ku kibi". Burya rero, Imana Allah Igumiriza akabanga ku vyaha Ikababarira uwo Ishatse, Ikanahana uwo Ishatse. Burya Imana Allah ni Yo Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo, ni no kuri Yo rero ibiremwa vyose bizosubira, kugira Ihembe kimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye.

يَٰٓأَهۡلَ ٱلۡكِتَٰبِ قَدۡ جَآءَكُمۡ رَسُولُنَا يُبَيِّنُ لَكُمۡ عَلَىٰ فَتۡرَةٖ مِّنَ ٱلرُّسُلِ أَن تَقُولُواْ مَا جَآءَنَا مِنۢ بَشِيرٖ وَلَا نَذِيرٖۖ فَقَدۡ جَآءَكُم بَشِيرٞ وَنَذِيرٞۗ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٞ ١٩

19. Emwe bahawe Igitabu! Intumwa yacu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaramaze kubashikira, ibatomorera ukuri inyuma y'ikiringo kitari gito caciye hagati y'irungikwa ryayo n'irungikwa rya Isa mwene Mariyamu, kugira ntimuzoronke icitwazo co kwigovyora muvuga muti: "Nta Ntumwa yigeze idushikira, ishikiriza abemeramana inkuru ibahumuriza y'Ubwami bw'ijuru, inagabisha abagarariji ku bihano vyo mu muriro". Ni ukuri, mwaramaze gushikirwa n'Intumwa ishikiriza abemeramana inkuru ibahumuriza y'Ubwami bw'ijuru, ikanagabisha abagarariji ku bihano vyo mu muriro. Burya Imana Allah ni Mushoboravyose.

وَإِذۡ قَالَ مُوسَىٰ لِقَوۡمِهِۦ يَٰقَوۡمِ ٱذۡكُرُواْ نِعۡمَةَ ٱللَّهِ عَلَيۡكُمۡ إِذۡ جَعَلَ فِيكُمۡ أَنۢبِيَآءَ وَجَعَلَكُم مُّلُوكٗا وَءَاتَىٰكُم مَّا لَمۡ يُؤۡتِ أَحَدٗا مِّنَ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٢٠

20. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yabwira abantu biwe yarungitsweko ati: "Emwe Bene Israyeli! Nimwibuke inema Imana Allah Yabahaye, igihe Irungika Abavugishwamana bavuye muri mwebwe, Ikabagira abami inyuma y'aho mwari abashumba muganzwa na Firawuni, Iraheza Ibaha n'ingabirano nyinshi Itigeze Iha n'umwe mu bantu bo mu gihe canyu;

يَٰقَوۡمِ ٱدۡخُلُواْ ٱلۡأَرۡضَ ٱلۡمُقَدَّسَةَ ٱلَّتِي كَتَبَ ٱللَّهُ لَكُمۡ وَلَا تَرۡتَدُّواْ عَلَىٰٓ أَدۡبَارِكُمۡ فَتَنقَلِبُواْ خَٰسِرِينَ ٢١

21. Bantu banje! Enda nimwinjire mu gisagara ceranda ca Bayti l-Maqdis, ari na co Imana Allah Yabasezeraniye ko mwinjira mugahangana n'abagarariji. Ntimuzogenze umugongo ngo muhunge urugamba; muramutse

[1] Ukwemera ko hariho Imana Imwe Rudende Allah, gushingiye ku kwemera ko ari Yo Nyenubushobozi bwo kurema no kubeshaho ibiremwa, n'uko ata kintu na kimwe kibangikanije na Yo muri ubwo bushobozi. Abenshi rero bagwa mu caha c'ibangikanyamana, mu kurenza urugezo rw'icubahiro baha Abavugishwamana kibure aberanda mu biremwa, n'aho boba barahawe n'Imana Allah ibitangaro, ntivyotuma bahabwa icubahiro c'ubumana cagenewe gusa Imana Allah Yabaremye, ari na Yo Ibwirijwe guhabwa ico cubahiro Itabangikanijwe na kimwe mu biremwa.

muruhunze, mwotahira agahombo mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa".

قَالُواْ يَٰمُوسَىٰٓ إِنَّ فِيهَا قَوۡمٗا جَبَّارِينَ وَإِنَّا لَن نَّدۡخُلَهَا حَتَّىٰ يَخۡرُجُواْ مِنۡهَا فَإِن يَخۡرُجُواْ مِنۡهَا فَإِنَّا دَٰخِلُونَ ٢٢

22. Bene Israyeli bishuye bati: "Ewe Musa! Muri ico gisagara, ni ukuri hariyo abantu b'ibihangange, nta nguvu dufise zo guhangana na vyo, kandi twebwe mu vy'ukuri ntiturota tucinjira bitabanje kukivamwo. Nivyaramuka bikivuyemwo, tuzoheza tucinjire".

قَالَ رَجُلَانِ مِنَ ٱلَّذِينَ يَخَافُونَ أَنۡعَمَ ٱللَّهُ عَلَيۡهِمَا ٱدۡخُلُواْ عَلَيۡهِمُ ٱلۡبَابَ فَإِذَا دَخَلۡتُمُوهُ فَإِنَّكُمۡ غَٰلِبُونَۚ وَعَلَى ٱللَّهِ فَتَوَكَّلُوٓاْ إِن كُنتُم مُّؤۡمِنِينَ ٢٣

23. Ni ho haboneka abagabo babiri mu bantu batinya Imana Allah, bahawe no kuyumvira Yo hamwe n'Intumwa yayo, baraheza bavuga bati: "Ivyo bihangange nimuvyinjirireko mu gisagara, nimwamara kwinjira, mu vy'ukuri muzobitsinda, kandi rero nimwishimikize Imana Allah muyizere nimwaba mwemera koko Intumwa yayo, mwubahiriza n'amabwirizwa yayo".

قَالُواْ يَٰمُوسَىٰٓ إِنَّا لَن نَّدۡخُلَهَآ أَبَدٗا مَّا دَامُواْ فِيهَا فَٱذۡهَبۡ أَنتَ وَرَبُّكَ فَقَٰتِلَآ إِنَّا هَٰهُنَا قَٰعِدُونَ ٢٤

24. Bene Israyeli babwiye Musa bamwiyama n'amanyama n'akantu, bati: "Twebwe mu vy'ukuri, ntiturota twinjira ico gisagara ivyo bihangange bikikirimwo. Genda rero wewe Musa hamwe n'Imana yawe Rurema Allah, muheze muhangane na vyo, nayo twebwe ntiturota tuva ng'aha".

قَالَ رَبِّ إِنِّي لَآ أَمۡلِكُ إِلَّا نَفۡسِي وَأَخِيۖ فَٱفۡرُقۡ بَيۡنَنَا وَبَيۡنَ ٱلۡقَوۡمِ ٱلۡفَٰسِقِينَ ٢٥

25. Musa, ni ho yaca atakambira Imana Allah ati: "Mana yanje Rurema Allah! Jewe mu vy'ukuri, nta we mfiseko ububasha, kiretse agatwe kanje na murumunanje. Kubera ivyo rero, ruducire hagati yacu n'abantu b'ibigaba bari aho".

قَالَ فَإِنَّهَا مُحَرَّمَةٌ عَلَيۡهِمۡ أَرۡبَعِينَ سَنَةٗۚ يَتِيهُونَ فِي ٱلۡأَرۡضِۗ فَلَا تَأۡسَ عَلَى ٱلۡقَوۡمِ ٱلۡفَٰسِقِينَ ٢٦

26. Imana Allah Yaramwumviye Imwishura Iti: "Mu vy'ukuri, kuva uno musi, kwinjira igisagara ceranda ca Bayti l-Maqdis, ni ikizira kuri Bene Israyeli mu kiringo c'imyaka mirongo ine, bazokwamana intekera ku mutwe bazembagirika kw'isi, eka mbere ntukagirire impungenge abantu b'ibigaba".

۞وَٱتۡلُ عَلَيۡهِمۡ نَبَأَ ٱبۡنَيۡ ءَادَمَ بِٱلۡحَقِّ إِذۡ قَرَّبَا قُرۡبَانٗا فَتُقُبِّلَ مِنۡ أَحَدِهِمَا وَلَمۡ يُتَقَبَّلۡ مِنَ ٱلۡأٓخَرِۖ قَالَ لَأَقۡتُلَنَّكَۖ قَالَ إِنَّمَا يَتَقَبَّلُ ٱللَّهُ مِنَ ٱلۡمُتَّقِينَ ٢٧

27. Ntumwa y'Imana! Cira agace Bene Israyeli ku nkuru y'ukuri y'ivyashikiye Bene Adamu Qaabiili na Haabiili, igihe umwe wese muri bo yiyegereza ku Mana Allah mu gutanga ikimazi[1], Imana Allah Iraheza Yakira ikimazi catanzwe na Haabiili kuko yatinya Imana Allah akayigamburukira; Yanka kwakira ikimazi catanzwe na Qaabiili kuko ari ikigaba. Ni ho Qaabiili yaca asharika Haabiili amubwira ati: "Ntegerezwa kukwica!", Haabiili na we amwishura amuhanura ati: "Ni ukuri, Imana Allah Yakirira abayitinya bakayigamburukira;

[1] Ikimazi, ni ikintu ico ari co cose umuntu atanga ku kwiyegereza Imana Allah nk'imbagwa mu bitungwa canke imperezwa mu yandi matungo, n'ibindi.

28. Niwaramuka umfashe n'amaboko yawe ngo unyice, jewe sindota ndagukozako amaboko yanje ngo ndakwice. Mu vy'ukuri, jewe ndatinya ibihano vy'Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;

لَئِنۢ بَسَطتَ إِلَيَّ يَدَكَ لِتَقۡتُلَنِي مَآ أَنَا۠ بِبَاسِطٖ يَدِيَ إِلَيۡكَ لِأَقۡتُلَكَۖ إِنِّيٓ أَخَافُ ٱللَّهَ رَبَّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٢٨

29. Mu vy'ukuri, jewe nshaka ko uruhira kwikorera ivyaha vyo kunyica vyiyongereye ku vyo wari usanganwe, ushoke uja mu bantu bo mu muriro. Iyo ni yo ndishi y'abarenganya abandi".

إِنِّيٓ أُرِيدُ أَن تَبُوٓأَ بِإِثۡمِي وَإِثۡمِكَ فَتَكُونَ مِنۡ أَصۡحَٰبِ ٱلنَّارِۚ وَذَٰلِكَ جَزَٰٓؤُاْ ٱلظَّٰلِمِينَ ٢٩

30. Ni ho rero Qaabiili umutima wiwe wamwosha kwica murumunawe, araheza aramwica, aca aruhira kuba mu biguze ubuzima bwo kw'isi, bahomvye ubuzima bwabo bw'inyuma yo gupfa.

فَطَوَّعَتۡ لَهُۥ نَفۡسُهُۥ قَتۡلَ أَخِيهِ فَقَتَلَهُۥ فَأَصۡبَحَ مِنَ ٱلۡخَٰسِرِينَ ٣٠

31. Ni ho Imana Allah Yarungika igikona, cimba ikinogo hasi gishaka gufuririramwo ikindi gikona cishe, kugira cereke Qaabiili ukuntu afuba ikiziga ca murumunawe kimutera urubwa. Ni ho yitangaza yicuza ati: "Amagorwa arama yemwe! Nananiwe no kuba nk'iki gikona, ngaheza nkafuba ikiziga ca murumunanje!". Ni ho rero yashoka amufuba, aca aruhira kuba mu bicuza.

فَبَعَثَ ٱللَّهُ غُرَابٗا يَبۡحَثُ فِي ٱلۡأَرۡضِ لِيُرِيَهُۥ كَيۡفَ يُوَٰرِي سَوۡءَةَ أَخِيهِۚ قَالَ يَٰوَيۡلَتَىٰٓ أَعَجَزۡتُ أَنۡ أَكُونَ مِثۡلَ هَٰذَا ٱلۡغُرَابِ فَأُوَٰرِيَ سَوۡءَةَ أَخِيۖ فَأَصۡبَحَ مِنَ ٱلنَّٰدِمِينَ ٣١

32. Ku kubera ico caha co kwica rero, Twategetse Bene Israyeli, ko uwishe umuntu ku karenganyo atari ku mvo yo kwihora canke guhana igenzwa n'ubwononyi kw'isi[1], ahabwa igihano gikaze nk'aho yoba yishe abantu bose; n'uko uwubungabunze ubuzima bw'umuntu, Imana Allah Yaziririje ko yicirwa ubusa, ahabwa indishi ihambaye nk'aho yoba yabungabunze ubuzima bw'abantu bose[2]. Ni ukuri, Bene Israyeli baramaze gushikirwa n'Intumwa zacu, zibangikanije n'ivyemezo vyerekana ukuri kw'ukwemera Imana Allah no kwubahiriza amabwirizwa yayo. Inyuma yo gushikirwa n'izo Ntumwa rero, abenshi muri bo barimonogoza kw'isi mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

مِنۡ أَجۡلِ ذَٰلِكَ كَتَبۡنَا عَلَىٰ بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ أَنَّهُۥ مَن قَتَلَ نَفۡسَۢا بِغَيۡرِ نَفۡسٍ أَوۡ فَسَادٖ فِي ٱلۡأَرۡضِ فَكَأَنَّمَا قَتَلَ ٱلنَّاسَ جَمِيعٗا وَمَنۡ أَحۡيَاهَا فَكَأَنَّمَآ أَحۡيَا ٱلنَّاسَ جَمِيعٗاۚ وَلَقَدۡ جَآءَتۡهُمۡ رُسُلُنَا بِٱلۡبَيِّنَٰتِ ثُمَّ إِنَّ كَثِيرٗا مِّنۡهُم بَعۡدَ ذَٰلِكَ فِي ٱلۡأَرۡضِ لَمُسۡرِفُونَ ٣٢

33. Ni ukuri, indishi yagenewe abarwanya Imana Allah n'Intumwa yayo, mu kurenga ku mabwirizwa yayo n'inyigisho z'intumwa, bagaheza bakagenzwa n'ubwononyi kw'isi mu kwicira abantu ubusa, bakanabambura ivyabo, ni uko bokwicwa; canke bakabambwa hamwe no kwicwa; canke bagacibwa amaboko yabo y'iburyo n'amaguru yabo y'ibubamfu; basubira bagacibwa amaboko yabo y'ibubamfu n'amaguru

إِنَّمَا جَزَٰٓؤُاْ ٱلَّذِينَ يُحَارِبُونَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَيَسۡعَوۡنَ فِي ٱلۡأَرۡضِ فَسَادًا أَن يُقَتَّلُوٓاْ أَوۡ يُصَلَّبُوٓاْ أَوۡ تُقَطَّعَ أَيۡدِيهِمۡ وَأَرۡجُلُهُم مِّنۡ خِلَٰفٍ أَوۡ يُنفَوۡاْ مِنَ ٱلۡأَرۡضِۚ ذَٰلِكَ لَهُمۡ

[1] Nk'ibangikanyamana, ukwambura ivya murundi hakoreshejwe ibirwanisho.

[2] Ukubungabunga ubuzima bw'umuntu umwe ntiyicirwe ubusa, ni wo mushinge wo kubungabunga ubuzima bw'abantu bose no kwubahiriza agateka kabo. Kukaba nkako, burya ukwicira umuntu ubusa ata camira, ni yo ntango yo kurendegera mu kwicira ubusa abantu bose.

خِزْيٌ فِي ٱلدُّنْيَا ۖ وَلَهُمْ فِي ٱلْآخِرَةِ عَذَابٌ عَظِيمٌ ﴿٣٣﴾

yabo y'iburyo; canke bakomorerwa mu kindi gihugu kitari ic'amavukiro; canke bagatabwa mw'ibohero ryo muri ico gihugu bakoreyemwo icaha gushika bigaye. Iyo ndishi rero, ni co gihano cabo gisuzuguza kw'isi, baranategekanirijwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa ibihano bihambaye;

إِلَّا ٱلَّذِينَ تَابُوا۟ مِن قَبْلِ أَن تَقْدِرُوا۟ عَلَيْهِمْ ۖ فَٱعْلَمُوٓا۟ أَنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٣٤﴾

34. Ariko rero, abazokwigaya muri bo bakishikana imbere yuko mubafata, muramenya ko ibihano bategekanirijwe ku Mana Allah bizohanagurwa. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَٱبْتَغُوٓا۟ إِلَيْهِ ٱلْوَسِيلَةَ وَجَٰهِدُوا۟ فِى سَبِيلِهِۦ لَعَلَّكُمْ تُفْلِحُونَ ﴿٣٥﴾

35. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, muheze muyiyegereze mu kuyumvira no mu gukora ibiyishimisha, maze muharanire n'idini ryayo kugira muronke intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لَوْ أَنَّ لَهُم مَّا فِى ٱلْأَرْضِ جَمِيعًا وَمِثْلَهُۥ مَعَهُۥ لِيَفْتَدُوا۟ بِهِۦ مِنْ عَذَابِ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ مَا تُقُبِّلَ مِنْهُمْ ۖ وَلَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٣٦﴾

36. Mu vy'ukuri, abagararije mu guhakana bivuye inyuma ko Imana Allah ari Imwe Rudende, vyoshika bakaba bagaba ibiri kw'isi vyose, hiyongeyeko n'ibingana na vyo, bagashaka gutanga ivyo bagaba vyose kugira bigombore mu bihano vyo ku musi w'izuka, Imana Allah ntiyokwemeye ivyigombozo vyabo, mbere baranategekanirijwe ibihano bibabaza;

يُرِيدُونَ أَن يَخْرُجُوا۟ مِنَ ٱلنَّارِ وَمَا هُم بِخَٰرِجِينَ مِنْهَا ۖ وَلَهُمْ عَذَابٌ مُّقِيمٌ ﴿٣٧﴾

37. Bashaka gusohoka mu muriro bahunga intureka z'ibihano vyawo, kandi ata buhungiro bwo kuwuvamwo bafise. Baranategekanirijwe ibihano vyamaho.

وَٱلسَّارِقُ وَٱلسَّارِقَةُ فَٱقْطَعُوٓا۟ أَيْدِيَهُمَا جَزَآءًۢ بِمَا كَسَبَا نَكَٰلًا مِّنَ ٱللَّهِ ۗ وَٱللَّهُ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ﴿٣٨﴾

38. Uwivye, yaba umuhungu canke umukobwa, murabaca ibikonjo vyabo mwisunze ibwirizwa ry'Imana Allah, ni co gihano c'abivye ivya murundi badafiseko uburenganzira, cagenwe n'Imana Allah ku guhasha abasuma. Burya Imana Allah ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora;

فَمَن تَابَ مِنۢ بَعْدِ ظُلْمِهِۦ وَأَصْلَحَ فَإِنَّ ٱللَّهَ يَتُوبُ عَلَيْهِ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٣٩﴾

39. Uwigaye inyuma yo kwiba, akanatunganya ibikorwa vyiwe asabwa n'Imana Allah, mu vy'ukuri Imana Allah Izomubabarira, ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

أَلَمْ تَعْلَمْ أَنَّ ٱللَّهَ لَهُۥ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ يُعَذِّبُ مَن يَشَآءُ وَيَغْفِرُ لِمَن يَشَآءُ ۗ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٤٠﴾

40. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye ko Imana Allah ari Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo! Ihana uwo Ishatse Ikagumiriza akabanga ku vyaha uwo Ishatse ntibimuhanire, burya Imana Allah ni Mushoboravyose.

۞ يَٰٓأَيُّهَا ٱلرَّسُولُ لَا يَحْزُنكَ ٱلَّذِينَ يُسَٰرِعُونَ فِى ٱلْكُفْرِ مِنَ ٱلَّذِينَ قَالُوٓا۟

41. Ewe Ntumwa y'Imana! Ntukicwe n'intuntu y'abihutira kugarariza ubutumwa bwawe mu bantu b'indyarya bavuze

n’akanwa ivyo batemera mu mutima, bati: “Twaremeye”. Nzoheza rero Ndagutere intege ubatsinde. Kandi ntukicwe n’intuntu y’abihutira kugarariza ubutumwa bwawe mu bayahudi bumviriza ikinyoma c’abamenyi muri bo, bakumvira n’abandi bantu batigera bashika mu cicaro cawe, bahindagura amajambo y’Imana Allah uko atari inyuma yo kuyatahura, bagaheza bakavuga bati: “Nimwahabwa na Muhamadi ibihuye n’ivyo twahindaguye muri Tawurati, muravyakira mubigendere; nayo nimwahabwa ibidahuye na vyo, muravyiyubara, ntimubigendere”. Uwo Imana Allah Ishatse kugerageza agahuba, nta na kimwe womushoboza gukora gituma atumbera inzira y’ukuri. Abo ni bo bantu rero mu ndyarya no mu bayahudi, Imana Allah Itashatse kweza imitima yabo ngo ivavanure n’ubugarariji kubera ubugaba bwabo. Barategekanirijwe ubuzima busuzuguza kw’isi, baranategekanirijwe n’ibihano bihambaye mu buzima bw’inyuma yo gupfa;

ءَامَنَّا بِأَفۡوَٰهِهِمۡ وَلَمۡ تُؤۡمِن قُلُوبُهُمۡۛ وَمِنَ ٱلَّذِينَ هَادُواْۛ سَمَّٰعُونَ لِلۡكَذِبِ سَمَّٰعُونَ لِقَوۡمٍ ءَاخَرِينَ لَمۡ يَأۡتُوكَۖ يُحَرِّفُونَ ٱلۡكَلِمَ مِنۢ بَعۡدِ مَوَاضِعِهِۦۖ يَقُولُونَ إِنۡ أُوتِيتُمۡ هَٰذَا فَخُذُوهُ وَإِن لَّمۡ تُؤۡتَوۡهُ فَٱحۡذَرُواْۚ وَمَن يُرِدِ ٱللَّهُ فِتۡنَتَهُۥ فَلَن تَمۡلِكَ لَهُۥ مِنَ ٱللَّهِ شَيۡـٔٗاۚ أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ لَمۡ يُرِدِ ٱللَّهُ أَن يُطَهِّرَ قُلُوبَهُمۡۚ لَهُمۡ فِي ٱلدُّنۡيَا خِزۡيٞۖ وَلَهُمۡ فِي ٱلۡأٓخِرَةِ عَذَابٌ عَظِيمٞ ﴿٤١﴾

42. Bumviriza ikinyoma bakihereza n’amatungo azira[1]. Nibaramuka rero baje kugucisha urubanza, urarubacira canke ubirengagize. Niwabirengagiza ukareka kurubacira, nta na kimwe bazokugira cokubangamira. Niwarubacira naho, urabacira urugororotse rutunganye. Mu vy’ukuri, Imana Allah Irakunda intungane mu guca imanza.

سَمَّٰعُونَ لِلۡكَذِبِ أَكَّٰلُونَ لِلسُّحۡتِۚ فَإِن جَآءُوكَ فَٱحۡكُم بَيۡنَهُمۡ أَوۡ أَعۡرِضۡ عَنۡهُمۡۖ وَإِن تُعۡرِضۡ عَنۡهُمۡ فَلَن يَضُرُّوكَ شَيۡـٔٗاۖ وَإِنۡ حَكَمۡتَ فَٱحۡكُم بَيۡنَهُم بِٱلۡقِسۡطِۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلۡمُقۡسِطِينَ ﴿٤٢﴾

43. Ntumwa y’Imana! Bishoboka gute ko bagucisha imanza mu gihe batakwemera, kandi bafise Tawurati irimwo ingingo z’Imana Allah zitomoye ku vyo bagucishako imanza, hanyuma wamara gufata ingingo badashima, bagasubira inyuma bayinebagura kuko idahuye n’ivyipfuzo vyabo! Abarangwa n’izo ngeso rero, ntibemera Imana Allah, ntibanemera n’ingingo ubashikiriza.

وَكَيۡفَ يُحَكِّمُونَكَ وَعِندَهُمُ ٱلتَّوۡرَىٰةُ فِيهَا حُكۡمُ ٱللَّهِ ثُمَّ يَتَوَلَّوۡنَ مِنۢ بَعۡدِ ذَٰلِكَۚ وَمَآ أُوْلَٰٓئِكَ بِٱلۡمُؤۡمِنِينَ ﴿٤٣﴾

44. Mu vy’ukuri, Twebwe Allah Twamanuye Tawurati irimwo uburongozi n’umuco werekana ingingo z’Imana Allah, zisungwa n’Abavugishwamana bicishije bugufi, bakubahiriza n’amabwirizwa yayo mu gutunganiriza abayahudi. Izo ngingo rero kandi zikisungwa n’abasenzi hamwe n’abamenyi mu bayahudi, mu kwubahiriza ivyo baragijwe n’Abavugishwamana ko bigisha iyubahirizwa ry’ibiri mu Gitabu ca Tawurati, bakazoba ari n’ivyabona ko Abavugishwamana batunganirije abayahudi bisunze ingingo ziri muri Tawurati. Imana Allah Yabwiye abo

إِنَّآ أَنزَلۡنَا ٱلتَّوۡرَىٰةَ فِيهَا هُدٗى وَنُورٞۚ يَحۡكُمُ بِهَا ٱلنَّبِيُّونَ ٱلَّذِينَ أَسۡلَمُواْ لِلَّذِينَ هَادُواْ وَٱلرَّبَّٰنِيُّونَ وَٱلۡأَحۡبَارُ بِمَا ٱسۡتُحۡفِظُواْ مِن كِتَٰبِ ٱللَّهِ وَكَانُواْ عَلَيۡهِ شُهَدَآءَۚ فَلَا تَخۡشَوُاْ ٱلنَّاسَ وَٱخۡشَوۡنِ وَلَا تَشۡتَرُواْ بِـَٔايَٰتِي ثَمَنٗا قَلِيلٗاۚ وَمَن لَّمۡ يَحۡكُم بِمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡكَٰفِرُونَ ﴿٤٤﴾

[1] Nka ruswa, inyungu izira (riba) n’impongano y’ubushurashuzi.

basenzi n’abamenyi Iti: “Ntimugatinye rero abantu mu kwubahiriza ingingo zanje kuko ata co bazobungura, eka nta n’ico bazobicira, muraheza rero muntinye Jewe Allah, kandi ntimugafate Aayah zanje ngo muziguze ibintu vy’agaciro gato cane, canke ngo muzihindure mu kutubahiriza ingingo zanje”. Abatisunga rero ingingo zamanuwe n’Imana Allah mu gutunganiriza abantu, maze bakazihindagura canke bakazirenzako uruhu rw’amazi, bagaheza bakisunga izindi ngingo zitamanuwe na Yo, mu ntumbero yo guhakana ingingo zayo, abo rero ni bo bagarariji koko.

45. Twaranategetse abayahudi muri Tawurati ko uwishe yicwa, uwumenye ijisho amenwa ijisho, uwuciye izuru acibwa izuru, uwuciye ugutwi acibwa ugutwi n’uwukuye iryinyo akurwa iryinyo, n’uko uwuteye inguma aterwa inguma mu kwihora. Abatisunga rero ingingo zamanuwe n’Imana Allah mu gutunganiriza abantu, maze bakazihindagura, canke bakazirenzako uruhu rw’amazi, bagaheza bakisunga izindi ngingo zitamanuwe na Yo mu gutunganiriza abagiriraniye nabi, mu ntumbero yo guhakana ingingo zayo, abo rero ni bo birenganije mu kurenga ku mabwirizwa yayo.

وَكَتَبْنَا عَلَيْهِمْ فِيهَآ أَنَّ ٱلنَّفْسَ بِٱلنَّفْسِ وَٱلْعَيْنَ بِٱلْعَيْنِ وَٱلْأَنفَ بِٱلْأَنفِ وَٱلْأُذُنَ بِٱلْأُذُنِ وَٱلسِّنَّ بِٱلسِّنِّ وَٱلْجُرُوحَ قِصَاصٌ ۚ فَمَن تَصَدَّقَ بِهِۦ فَهُوَ كَفَّارَةٌ لَّهُۥ ۚ وَمَن لَّمْ يَحْكُم بِمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ فَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ﴿٤٥﴾

46. Mu gusozera Abavugishwamana barungitswe muri Bene Israyeli, Twakurikije Intumwa Isa mwene Mariyamu, yemera kandi yubahiriza ibiri mu Gitabu ca Tawurati[1]. Twaranamumanuriye Igitabu c’Injili kirimwo uburongozi bukura abantu mu buhuvyi, kikabamwo n’umuco werekana ingingo z’Imana Allah, gishimangira n’ukuri kw’ibiri muri Tawurati. Muri iyo Njili rero, harimwo uburongozi n’inyigisho zitomoye ku batinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo.

وَقَفَّيْنَا عَلَىٰٓ ءَاثَٰرِهِم بِعِيسَى ٱبْنِ مَرْيَمَ مُصَدِّقًا لِّمَا بَيْنَ يَدَيْهِ مِنَ ٱلتَّوْرَىٰةِ ۖ وَءَاتَيْنَٰهُ ٱلْإِنجِيلَ فِيهِ هُدًى وَنُورٌ وَمُصَدِّقًا لِّمَا بَيْنَ يَدَيْهِ مِنَ ٱلتَّوْرَىٰةِ وَهُدًى وَمَوْعِظَةً لِّلْمُتَّقِينَ ﴿٤٦﴾

47. Abahawe Injili rero, bakaba ari na bo barungikiwe Intumwa Isa, nyabuna nibatunganirize abantu bisunze ivyamanuwe n’Imana Allah muri yo. Abatisunga rero ingingo zamanuwe n’Imana Allah mu gutunganiriza abantu, maze bakazihindagura, canke bakazirenzako uruhu rw’amazi, bagaheza bakisunga izindi ngingo zitamanuwe na Yo mu kubatunganiriza, mu ntumbero yo guhakana ingingo zayo, abo rero ni vyo bigaba birenga ku mabwirizwa yayo.

وَلْيَحْكُمْ أَهْلُ ٱلْإِنجِيلِ بِمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ فِيهِ ۚ وَمَن لَّمْ يَحْكُم بِمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ فَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْفَٰسِقُونَ ﴿٤٧﴾

48. Ntumwa y’Imana! Twaranakumanuriye Igitabu ca Qor’ani kirimwo ukuri, gishimangira n’ukuri kuri mu Bitabu vy’aho hambere yaco, kigaheza kikabiganza mu gutomora ukuri kuri muri vyo, hamwe n’ivyahindaguwe n’abantu,

وَأَنزَلْنَآ إِلَيْكَ ٱلْكِتَٰبَ بِٱلْحَقِّ مُصَدِّقًا لِّمَا بَيْنَ يَدَيْهِ مِنَ ٱلْكِتَٰبِ وَمُهَيْمِنًا عَلَيْهِ

[1] Ibitasubirijwe izindi ngingo mu Gitabu yahawe c’Injili.

فَٱحۡكُم بَيۡنَهُم بِمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُۖ وَلَا تَتَّبِعۡ أَهۡوَآءَهُمۡ عَمَّا جَآءَكَ مِنَ ٱلۡحَقِّۚ لِكُلّٖ جَعَلۡنَا مِنكُمۡ شِرۡعَةٗ وَمِنۡهَاجٗاۚ وَلَوۡ شَآءَ ٱللَّهُ لَجَعَلَكُمۡ أُمَّةٗ وَٰحِدَةٗ وَلَٰكِن لِّيَبۡلُوَكُمۡ فِي مَآ ءَاتَىٰكُمۡۖ فَٱسۡتَبِقُواْ ٱلۡخَيۡرَٰتِۚ إِلَى ٱللَّهِ مَرۡجِعُكُمۡ جَمِيعٗا فَيُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمۡ فِيهِ تَخۡتَلِفُونَ ٤٨

kikanasubiriza rero n'ivyahanaguwe. Kubera ivyo rero, tunganiriza abakwituye mu bayahudi mu kubacira imanza wisunze ivyo wamanuriwe n'Imana Allah muri Qor'ani, ntukanakurikire ivyipfuzo vyabo vyotuma utirigana ku kuri kwagushikiriye, burya umugwi wose mu bantu Twarungikiye Intumwa muri mwebwe, Twawuhaye ingingo zitomoye n'ivyo wokwisunga mu kuntu ubayeho. Iyo rero Imana Allah Ishaka, Yari kubaha ingingo zimwe mwisunga mwese, ariko rero izo ngingo Yarazitandukanije kugira Ibageregeze, maze hamenyekane - mu vyo Isanzwe Izi - ko mwubahiriza ivyo Yabahaye, gutyo hagaragare uwuyumvira n'ikigaba. Kubera ivyo rero, nimurushanwe mu guhurumbira gukora ivyiza biri muri Qor'ani, bizobagirira akamaro kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Ni ku Mana Allah rero muzosubizwa mwese, Iheze Ibabwire ivyo mwahora muhazanako mw'idini, Inahembere umwe wese ico yakoze.

وَأَنِ ٱحۡكُم بَيۡنَهُم بِمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ وَلَا تَتَّبِعۡ أَهۡوَآءَهُمۡ وَٱحۡذَرۡهُمۡ أَن يَفۡتِنُوكَ عَنۢ بَعۡضِ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ إِلَيۡكَۖ فَإِن تَوَلَّوۡاْ فَٱعۡلَمۡ أَنَّمَا يُرِيدُ ٱللَّهُ أَن يُصِيبَهُم بِبَعۡضِ ذُنُوبِهِمۡۗ وَإِنَّ كَثِيرٗا مِّنَ ٱلنَّاسِ لَفَٰسِقُونَ ٤٩

49. Ntumwa y'Imana! Tunganiriza abayahudi wisunze ivyo wamanuriwe n'Imana Allah muri Qor'ani, ntukanakurikire ivyipfuzo vy'abakwituye vyotuma utirigana ku kuri, kandi wiyubare ko bohava bakubera intambamyi y'ukutubahiriza ivyo wamanuriwe n'Imana Allah. Nibagenza umugongo bakirengagiza ingingo wabashikirije, uramenya ko Imana Allah Ishaka kubahubisha ku kubera ivyaha vyabo, kandi rero mu vy'ukuri abenshi mu bantu, ni ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

أَفَحُكۡمَ ٱلۡجَٰهِلِيَّةِ يَبۡغُونَۚ وَمَنۡ أَحۡسَنُ مِنَ ٱللَّهِ حُكۡمٗا لِّقَوۡمٖ يُوقِنُونَ ٥٠

50. Mbega none abo bayahudi bashaka ko ubatunganiriza wisunze ingingo zubahirizwa n'ababangikanyamana! Eka ntibikabe! Mbega ni nde mwiza w'intungane yoza asumba Imana Allah mu gufata ingingo y'ukuri, ku bantu bazi neza ko ingingo y'Imana Allah ari yo y'ukuri!

۞يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَتَّخِذُواْ ٱلۡيَهُودَ وَٱلنَّصَٰرَىٰٓ أَوۡلِيَآءَۘ بَعۡضُهُمۡ أَوۡلِيَآءُ بَعۡضٖۚ وَمَن يَتَوَلَّهُم مِّنكُمۡ فَإِنَّهُۥ مِنۡهُمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَهۡدِي ٱلۡقَوۡمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ٥١

51. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukagire abayahudi n'abanaswara abagenzi banyu somambike mu kubahereza amabanga yanyu, mu gihe ata rukundo babafitiye. Umugwi wose muri bo uracuditse n'uwundi; baratabarana hagati yabo, bagafatana mu mugongo mu kubarwanya. Uwuzobagira abagenzi somambike acuditse na bo rero, azoharurwa muri bo. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntishoboza abantu birenganya mu gucudika n'abagarariji.

فَتَرَى ٱلَّذِينَ فِي قُلُوبِهِم مَّرَضٞ يُسَٰرِعُونَ فِيهِمۡ يَقُولُونَ نَخۡشَىٰٓ أَن تُصِيبَنَا دَآئِرَةٞۚ فَعَسَى ٱللَّهُ أَن يَأۡتِيَ بِٱلۡفَتۡحِ أَوۡ أَمۡرٖ مِّنۡ

52. Uzobona abafise indwara y'uburyarya mu mitima yabo, bihutira kubagira abagenzi somambike bavuga mu kwisigura bati: "Burya tubagira abagenzi somambike ku gutinya ko baramutse batsinze abislamu, na twe boduhitana". Imana Allah Yabishuye ko kumbure hari

n'aho Yogarurira abislamu igisagara ca Makka canke Ikabashikana ku ntsinzi bakaganza, izo ndyarya zikazokwicuza ku catumye zicudika na bo;

عِندِهِۦ فَيُصْبِحُوا۟ عَلَىٰ مَآ أَسَرُّوا۟ فِىٓ أَنفُسِهِمْ نَٰدِمِينَ ﴿٥٢﴾

53. Muri ico gihe, abemeramana bazobwirana hagati yabo bitangaza bati: "Mbega none, aba ni bo barahiye bakarengwa kw'izina ry'Imana Allah, ko mu vy'ukuri bari kumwe na mwe!". Ibikorwa vyabo rero vyarahungurutse bicika impfagusa kuko babikorana uburyarya, nta co bazokuramwo atari agahombo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَيَقُولُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ أَهَٰٓؤُلَآءِ ٱلَّذِينَ أَقْسَمُوا۟ بِٱللَّهِ جَهْدَ أَيْمَٰنِهِمْ إِنَّهُمْ لَمَعَكُمْ ۚ حَبِطَتْ أَعْمَٰلُهُمْ فَأَصْبَحُوا۟ خَٰسِرِينَ ﴿٥٣﴾

54. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Uwuzoramuka yisubiyeko muri mwebwe, akava mw'idini ryiwe ry'ubwislamu, nta co azokwicira Imana Allah, kuko Izoheza Izane abandi bantu Ikunda, kandi na bo nyene bakayikunda, bicisha bugufi bakanagirira impuhwe abemeramana, bagakarira abagarariji, bagaharanira n'idini ryayo ata gutinya igitsure c'umuntu n'umwe. Iyo rero, ni impano y'Imana Allah Iha uwo Ishatse mu biremwa, kira noneho, burya Imana Allah ni Nyeningabirano-ntangere, Nyenubumenyikurivyose.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ مَن يَرْتَدَّ مِنكُمْ عَن دِينِهِۦ فَسَوْفَ يَأْتِى ٱللَّهُ بِقَوْمٍ يُحِبُّهُمْ وَيُحِبُّونَهُۥٓ أَذِلَّةٍ عَلَى ٱلْمُؤْمِنِينَ أَعِزَّةٍ عَلَى ٱلْكَٰفِرِينَ يُجَٰهِدُونَ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ وَلَا يَخَافُونَ لَوْمَةَ لَآئِمٍ ۚ ذَٰلِكَ فَضْلُ ٱللَّهِ يُؤْتِيهِ مَن يَشَآءُ ۚ وَٱللَّهُ وَٰسِعٌ عَلِيمٌ ﴿٥٤﴾

55. Bemeramana! Ni ukuri umuhagarikizi n'umutabazi wanyu, ni Imana Allah n'Intumwa yayo, hamwe rero n'abemeramana; barya batsimbataza isengesho rikwije ibisabwa ku mwanya waryo, bakanatanga n'ishikanwa-bwirizwa bicishije bugufi ku Mana Allah.

إِنَّمَا وَلِيُّكُمُ ٱللَّهُ وَرَسُولُهُۥ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱلَّذِينَ يُقِيمُونَ ٱلصَّلَوٰةَ وَيُؤْتُونَ ٱلزَّكَوٰةَ وَهُمْ رَٰكِعُونَ ﴿٥٥﴾

56. Uwo wese rero azogira Imana Allah Umuhagarikizi, agaheza akizera Imana Allah n'Intumwa yayo hamwe n'abemeramana, azoba ari mu mugwi uharanira Imana Allah. Burya mu vy'ukuri, umugwi uharanira Imana Allah, ni wo wenintsinzi.

وَمَن يَتَوَلَّ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ فَإِنَّ حِزْبَ ٱللَّهِ هُمُ ٱلْغَٰلِبُونَ ﴿٥٦﴾

57. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukagire abagenzi somambike, abanebagura bagatebura kw'idini ryanyu mu bahawe Igitabu aho hambere yanyu no mu bagarariji, muraheza nyabuna mutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo nimwaba muyemera vy'ukuri;

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَا تَتَّخِذُوا۟ ٱلَّذِينَ ٱتَّخَذُوا۟ دِينَكُمْ هُزُوًا وَلَعِبًا مِّنَ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ مِن قَبْلِكُمْ وَٱلْكُفَّارَ أَوْلِيَآءَ ۚ وَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿٥٧﴾

58. Iyo murarikiye abantu kuja gusenga, baranebagura iryo rarika bakarigira itebura n'umufyino, bitewe n'uko ari abantu badatahura ukuri kw'ukwiyegereza Imana Allah.

وَإِذَا نَادَيْتُمْ إِلَى ٱلصَّلَوٰةِ ٱتَّخَذُوهَا هُزُوًا وَلَعِبًا ۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ قَوْمٌ لَّا يَعْقِلُونَ ﴿٥٨﴾

59. Ntumwa y'Imana! Bwira abatebura kw'irarikira ryo kuja gusenga uti: "Emwe bahawe Igitabu! Mbega burya hari ico mutunebagurako kiretse kuba twemera Imana Allah, tukemera n'Ibitabu Yatumanuriye n'ivyo Yamanuriye abo

قُلْ يَٰٓأَهْلَ ٱلْكِتَٰبِ هَلْ تَنقِمُونَ مِنَّآ إِلَّآ أَنْ ءَامَنَّا بِٱللَّهِ وَمَآ أُنزِلَ إِلَيْنَا وَمَآ أُنزِلَ مِن قَبْلُ وَأَنَّ أَكْثَرَكُمْ فَٰسِقُونَ ﴿٥٩﴾

hambere yacu, n'uko twemera ko abenshi muri mwebwe ari ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah!".

قُلْ هَلْ أُنَبِّئُكُم بِشَرٍّ مِّن ذَٰلِكَ مَثُوبَةً عِندَ ٱللَّهِ ۚ مَن لَّعَنَهُ ٱللَّهُ وَغَضِبَ عَلَيْهِ وَجَعَلَ مِنْهُمُ ٱلْقِرَدَةَ وَٱلْخَنَازِيرَ وَعَبَدَ ٱلطَّٰغُوتَ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ شَرٌّ مَّكَانًا وَأَضَلُّ عَن سَوَآءِ ٱلسَّبِيلِ ﴿٦٠﴾

60. Muvugishwamana! Bwira abemeramana uti: "Mbega ndababwire uwuzoronka indishi mbi cane ku Mana Allah, isumba iy'ivyo bigaba ku musi w'izuka! Ni barya bakomoka ku bo Imana Allah Yavumye, Ikabashavurira, Ikanahindura bamwe muri bo inkende n'ingurube, hamwe rero n'abasenga ibigirwamana vyo mu bwoko ubwo ari bwo bwose[1]. Abo ni bo bantu rero bafise uburuhukiro bubi cane, banahuvye cane n'inzira y'ukuri".

وَإِذَا جَآءُوكُمْ قَالُوٓا۟ ءَامَنَّا وَقَد دَّخَلُوا۟ بِٱلْكُفْرِ وَهُمْ قَدْ خَرَجُوا۟ بِهِۦ ۚ وَٱللَّهُ أَعْلَمُ بِمَا كَانُوا۟ يَكْتُمُونَ ﴿٦١﴾

61. Bemeramana! Iyo indyarya mu bayahudi zije zibagana, zibabwira mu bwiyorobetsi ziti: "Twaremeye", kandi zikiri mu bugarariji. Ni ukuri zinjirana ubugarariji aho muri, hanyuma zigasohoka uko zaje. Burya Imana Allah, ni Yo Izi neza ivyo zihishije mu mushaha n'aho zibiyorobekako.

وَتَرَىٰ كَثِيرًا مِّنْهُمْ يُسَٰرِعُونَ فِى ٱلْإِثْمِ وَٱلْعُدْوَٰنِ وَأَكْلِهِمُ ٱلسُّحْتَ ۚ لَبِئْسَ مَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿٦٢﴾

62. Ntumwa y'Imana! Uzobona benshi mu bayahudi bihutira gukora ivyaha vyo kubesha, kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah hamwe rero no kwihereza ku karenganyo amatungo y'abantu badafiseko uburenganzira. Ni ukuri, ni bibi cane ivyo bakora ku karenganyo.

لَوْلَا يَنْهَىٰهُمُ ٱلرَّبَّٰنِيُّونَ وَٱلْأَحْبَارُ عَن قَوْلِهِمُ ٱلْإِثْمَ وَأَكْلِهِمُ ٱلسُّحْتَ ۚ لَبِئْسَ مَا كَانُوا۟ يَصْنَعُونَ ﴿٦٣﴾

63. Ubwo none, abasenzi hamwe n'abamenyi babo, ntibobabuza kuvuga ikinyoma, kwihereza ku karenganyo amatungo y'abantu badafiseko uburenganzira, no kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah! Ni ukuri, ni bibi cane ibintu bakora ata camira muri bo.

وَقَالَتِ ٱلْيَهُودُ يَدُ ٱللَّهِ مَغْلُولَةٌ ۚ غُلَّتْ أَيْدِيهِمْ وَلُعِنُوا۟ بِمَا قَالُوا۟ ۘ بَلْ يَدَاهُ مَبْسُوطَتَانِ يُنفِقُ كَيْفَ يَشَآءُ ۚ وَلَيَزِيدَنَّ كَثِيرًا مِّنْهُم مَّآ أُنزِلَ إِلَيْكَ مِن رَّبِّكَ طُغْيَٰنًا وَكُفْرًا ۚ وَأَلْقَيْنَا بَيْنَهُمُ ٱلْعَدَٰوَةَ وَٱلْبَغْضَآءَ إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ ۚ كُلَّمَآ أَوْقَدُوا۟ نَارًا لِّلْحَرْبِ أَطْفَأَهَا ٱللَّهُ ۚ وَيَسْعَوْنَ فِى ٱلْأَرْضِ فَسَادًا ۚ وَٱللَّهُ لَا يُحِبُّ ٱلْمُفْسِدِينَ ﴿٦٤﴾

64. Abayahudi igihe baterwa n'inzara, bavuze bati: "Ukuboko kw'Imana Allah nta co kwikura". Baragapfa ata co bikuye mu gukora ivyiza! Baranavumwe bitewe n'ivyo bavuze. Imana Allah rero ntiri nk'ukwo bavuze, ahubwo nyabuna amaboko yayo ararekura mu gutanga ijoro n'umurango[2], Itanga uko Ishatse ku neza y'ibiremwa. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri ukwihambaza no kugarariza bizokwiyongera kuri benshi muri bo, bitewe n'ishari n'inzigo bagufitiye ku kuba wahawe ubutumwa n'Imana yawe Rurema Allah. Twarateye urwanko n'inzigo vyamaho hagati y'imigwi y'abayahudi gushika ku musi w'umuhero w'isi. Igihe cose rero bazokwatsa umuriro wo gutera indwano mu bislamu, Imana Allah Izowuzimya mu kubacanishamwo, kandi ntibazokwigera bareka kugenzwa

[1] Ibigirwamana vyo mu bwoko ubwo ari bwo bwose "TWAAGHUUT", ni ikiremwa ico ari co cose gisengwa mu gishingo c'Imana Allah, gishimishwa n'iryo sengwa.

[2] Iyi Aayah, iremeza ko Imana Allah Ifise amaboko mu buryo bukwiranye n'icubahiro cayo, ata kuyagereranya n'ay'ibiremwa mu kuntu aremye.

n'ubwononyi kw'isi, buturutse ku vyo bakora. Burya Imana Allah ntikunda na gato abononyi.

65. Iyo abahawe Igitabu bemera Imana Imwe Rudende Allah n'Intumwa yayo, bakanayitinya mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, ni ukuri Twebwe Allah Twari kubababarira ibicumuro n'ivyaha vyabo, ni ukuri Twari no kubinjiza mu Bwami bw'ijuru bwuzuye inema;

وَلَوْ أَنَّ أَهْلَ ٱلْكِتَٰبِ ءَامَنُوا۟ وَٱتَّقَوْا۟ لَكَفَّرْنَا عَنْهُمْ سَيِّـَٔاتِهِمْ وَلَأَدْخَلْنَٰهُمْ جَنَّٰتِ ٱلنَّعِيمِ ﴿٦٥﴾

66. Iyo bubahiriza amabwirizwa y'ibiri muri Tawurati n'ibiri mu Njili, hamwe rero n'ivyo bamanuriwe n'Imana yabo Rurema Allah biri muri Qor'ani, ni ukuri Twebwe Allah Twari kubamanurira imvura, Tugaheza Tukabanagishiriza ivyamwa, bagafungura borohewe kw'isi. Burya mu bahawe Igitabu rero, harimwo umugwi w'abagororotsi ushigikiye ukuri, n'abandi benshi muri bo bataye inzira, barangwa n'ibikorwa bibi cane.

وَلَوْ أَنَّهُمْ أَقَامُوا۟ ٱلتَّوْرَىٰةَ وَٱلْإِنجِيلَ وَمَآ أُنزِلَ إِلَيْهِم مِّن رَّبِّهِمْ لَأَكَلُوا۟ مِن فَوْقِهِمْ وَمِن تَحْتِ أَرْجُلِهِمْ ۚ مِّنْهُمْ أُمَّةٌ مُّقْتَصِدَةٌ ۖ وَكَثِيرٌ مِّنْهُمْ سَآءَ مَا يَعْمَلُونَ ﴿٦٦﴾

67. Ewe Ntumwa y'Imana! Shikiriza ivyo wamanuriwe n'Imana yawe Rurema Allah. Niwahirahira ngo ureke gushikiriza bimwe muri vyo, ntuzoba washikirije bikwiye ubutumwa warungikanwe n'Imana Allah[1]. Imana Allah na Yo Izoheza Igukingire abansi bawe mu bantu, shishikara rero ushikiriza ubutumwa ata co winona. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntishoboza abantu b'abagarariji gutumbera inzira igororotse.

۞ يَٰٓأَيُّهَا ٱلرَّسُولُ بَلِّغْ مَآ أُنزِلَ إِلَيْكَ مِن رَّبِّكَ ۖ وَإِن لَّمْ تَفْعَلْ فَمَا بَلَّغْتَ رِسَالَتَهُۥ ۚ وَٱللَّهُ يَعْصِمُكَ مِنَ ٱلنَّاسِ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٦٧﴾

68. Ntumwa y'Imana! Bwira abayahudi n'abanaswara uti: "Emwe bahawe Igitabu! Nta na kimwe mwimariye mw'idini, mu gihe mutarubahiriza ibiri muri Tawurati no mu Njili, hamwe rero n'ivyo mwamanuriwe n'Imana yanyu Rurema Allah biri muri Qor'ani". Ntumwa y'Imana! Ni ukuri ukwihambaza no kugarariza bizokwiyongera kuri benshi muri bo, bitewe n'ishari n'inzigo bagufitiye ku kuba wahawe ubutumwa n'Imana yawe Rurema Allah, gutyo ukagaragaza ingeso zabo mbi. Ntukicwe n'intuntu rero kw'igarariza ry'abantu b'ababahakanyi.

قُلْ يَٰٓأَهْلَ ٱلْكِتَٰبِ لَسْتُمْ عَلَىٰ شَىْءٍ حَتَّىٰ تُقِيمُوا۟ ٱلتَّوْرَىٰةَ وَٱلْإِنجِيلَ وَمَآ أُنزِلَ إِلَيْكُم مِّن رَّبِّكُمْ ۗ وَلَيَزِيدَنَّ كَثِيرًا مِّنْهُم مَّآ أُنزِلَ إِلَيْكَ مِن رَّبِّكَ طُغْيَٰنًا وَكُفْرًا ۖ فَلَا تَأْسَ عَلَى ٱلْقَوْمِ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٦٨﴾

69. Mu vy'ukuri, abemeye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bakayikurikira, abayahudi[2], abatsimbataye kuri kameremere kabo batagira idini nyezina, hamwe rero n'abanaswara[3], abazokwemera vy'ukuri muri bo Imana Imwe Rudende Allah, Intumwa yayo Muhamadi n'umusi w'imperuka,

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَٱلَّذِينَ هَادُوا۟ وَٱلصَّٰبِـُٔونَ وَٱلنَّصَٰرَىٰ مَنْ ءَامَنَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ وَعَمِلَ صَٰلِحًا فَلَا خَوْفٌ عَلَيْهِمْ وَلَا هُمْ يَحْزَنُونَ ﴿٦٩﴾

[1] Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarashikirije bikwiye ubutumwa yarungikanwe n'Imana Allah butagabanije. Uwibaza rero ko hoba hari na kimwe yanyegeje mu nyigisho, aba anyomoje mu kubeshera Imana Allah n'Intumwa yayo.

[2] Abayahudi, ni abemeye Musa bakanamukurikira. Ijambo "abayahudi" risigura abigaye ku Mana Allah.

[3] Abanaswara, ni abemeye Isa mwene Mariyamu bakamukurikira bakanamutabara. Ijambo "abanaswara", risigura abatabazi.

bakanakora n'ibikorwa vyiza bitegetswe, abo rero bazosanga indishi yabo ku Mana yabo Rurema Allah, kandi nta bwoba kuri bo bwo guhanwa, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu ku vyo basize kw'isi[1].

70. Ni ukuri Twebwe Allah Twarahaye Bene Israyeli isezerano rihambaye ryo kwubahiriza ibiri muri Tawurati, Tunabarungikira Intumwa nyinshi, baraheza barenga kw'isezerano Twabahaye. Igihe cose rero bashikirwa n'Intumwa ibazaniye ibidahuye n'ivyipfuzo vyabo, barahakana bakagarariza bivuye inyuma zimwe muri zo, izindi na zo bakazica.

لَقَدْ أَخَذْنَا مِيثَٰقَ بَنِيٓ إِسْرَٰٓءِيلَ وَأَرْسَلْنَآ إِلَيْهِمْ رُسُلًا ۖ كُلَّمَا جَآءَهُمْ رَسُولٌۢ بِمَا لَا تَهْوَىٰٓ أَنفُسُهُمْ فَرِيقًا كَذَّبُوا۟ وَفَرِيقًا يَقْتُلُونَ ﴿٧٠﴾

71. Ivyo bigaba mu bayahudi rero, vyibaza ko Imana Allah Itazobihana, biraheza birarendegera mu bukozi bw'ikibi bicika impumyi, ntivyaba bikibona ukuri; bicika n'intumva, ntivyaba bicumva ukuri ngo kugire ico kubimariye. Ni ho rero Imana Allah Yabihana, hanyuma Iravyumvira bimaze kwigaya. Mu nyuma yaho ukuri gutomokeye, abenshi muri vyo bahavuye bacika impumyi kandi bacika n'intumva. Burya Imana Allah, ni Nyenukubona, Irabona neza ivyo bakora, Izonabibahembera.

وَحَسِبُوٓا۟ أَلَّا تَكُونَ فِتْنَةٌ فَعَمُوا۟ وَصَمُّوا۟ ثُمَّ تَابَ ٱللَّهُ عَلَيْهِمْ ثُمَّ عَمُوا۟ وَصَمُّوا۟ كَثِيرٌ مِّنْهُمْ ۚ وَٱللَّهُ بَصِيرٌۢ بِمَا يَعْمَلُونَ ﴿٧١﴾

72. Ni ukuri abavuze ko Imana Allah mu vy'ukuri ari we Masihi mwene Mariyamu, baramaze kugarariza, kuko Masihi ubwiwe yabwiye Bene Israyeli ati: "Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende, ni Yo Mana yanje Ikaba n'Imana yanyu Rurema. Mu vy'ukuri, uwo wese azobangikanya Imana Allah n'ikindi kintu, ni ukuri Imana Allah Yaraziririje ko yoja mu Bwami bw'ijuru, ubushikiro bwiwe ni mu muriro. Abirenganije mw'ibangikanyamana ntibazoronka n'umwe abatabara mu bihano".

لَقَدْ كَفَرَ ٱلَّذِينَ قَالُوٓا۟ إِنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلْمَسِيحُ ٱبْنُ مَرْيَمَ ۖ وَقَالَ ٱلْمَسِيحُ يَٰبَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ٱعْبُدُوا۟ ٱللَّهَ رَبِّى وَرَبَّكُمْ ۖ إِنَّهُۥ مَن يُشْرِكْ بِٱللَّهِ فَقَدْ حَرَّمَ ٱللَّهُ عَلَيْهِ ٱلْجَنَّةَ وَمَأْوَىٰهُ ٱلنَّارُ ۖ وَمَا لِلظَّٰلِمِينَ مِنْ أَنصَارٍ ﴿٧٢﴾

73. Ni ukuri, abavuze ko Imana Allah mu vy'ukuri ari imwe mu butatu bweranda[2], baramaze kugarariza. Mbega none ntibazi ko abantu ata yindi mana bafise, atari Imana Imwe Rudende Allah, Itavyaye kandi Itavyawe! Ntiboteshwa ngo bate, bakavavanura n'ivyo bavuga! Ni ukuri bazokorwako n'ibihano bibabaza;

لَّقَدْ كَفَرَ ٱلَّذِينَ قَالُوٓا۟ إِنَّ ٱللَّهَ ثَالِثُ ثَلَٰثَةٍ ۘ وَمَا مِنْ إِلَٰهٍ إِلَّآ إِلَٰهٌ وَٰحِدٌ ۚ وَإِن لَّمْ يَنتَهُوا۟ عَمَّا يَقُولُونَ لَيَمَسَّنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ مِنْهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٧٣﴾

74. Mbega ntibogaruka ku Mana Allah bakigaya ku vyo bavuga, bakanayisaba imbabazi! Burya Imana Allah, ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

أَفَلَا يَتُوبُونَ إِلَى ٱللَّهِ وَيَسْتَغْفِرُونَهُۥ ۚ وَٱللَّهُ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٧٤﴾

[1] Inyuma y'irungikwa ry'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku bantu bose, nta dini ryemewe ku Mana Allah atari idini ry'ubwislamu yaje ishimangira, kuko ari ryo dini Imana Allah Yarungikanye Intumwa zose, rishingiye ku kwemera Imana Imwe Rudende Allah.
[2] Ubutatu bweranda, bugizwe n'umukama w'imana zitatu ari zo, data, mwana na mutimamweranda. Ijambo "umukama" rero, kizira ku mwislamu kurikoresha nk'izina ry'Imana Allah, kuko ng'aha risigura ubutatu bweranda, iryo na ryo ni ibangikanyamana.

مَّا ٱلۡمَسِيحُ ٱبۡنُ مَرۡيَمَ إِلَّا رَسُولٞ قَدۡ خَلَتۡ مِن قَبۡلِهِ ٱلرُّسُلُۖ وَأُمُّهُۥ صِدِّيقَةٞۖ كَانَا يَأۡكُلَانِ ٱلطَّعَامَۗ ٱنظُرۡ كَيۡفَ نُبَيِّنُ لَهُمُ ٱلۡأٓيَٰتِ ثُمَّ ٱنظُرۡ أَنَّىٰ يُؤۡفَكُونَ ٧٥

75. Burya rero Masihi mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) si ikindi, kiretse ko ari Intumwa nk'izindi zarungitswe n'Imana Allah aho hambere; na nyina wiwe yari imvugakuri yemera vy'ukuri, Masihi hamwe na nyina barihereza imfungurwa nk'ibindi biremwa, mu gihe ata mana y'ukuri ikenera kubeshwaho n'imfungurwa. Ntumwa y'Imana! Ehe raba na we ukuntu Tubatomorera ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, ntibaheze ngo bave mu muzimagiza w'ubuhuvyi! Hanyuma urabe n'ukuntu bagarariza ukuri kandi baramaze kukumenya, maze bakareka kwemera no gusenga Imana Allah Yaremye batayibangikanya!

قُلۡ أَتَعۡبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَا لَا يَمۡلِكُ لَكُمۡ ضَرّٗا وَلَا نَفۡعٗاۚ وَٱللَّهُ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلۡعَلِيمُ ٧٦

76. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mbega mubangikanya Imana Allah mu gusenga ibigirwamana ata co bibatwara mu gihe mworeka kubisenga, ata n'ico bibungura mu gihe mwobisenga! Burya rero Imana Allah ni Yo Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi n'ivyo muhisha mu mishaha yanyu".

قُلۡ يَٰٓأَهۡلَ ٱلۡكِتَٰبِ لَا تَغۡلُواْ فِي دِينِكُمۡ غَيۡرَ ٱلۡحَقِّ وَلَا تَتَّبِعُوٓاْ أَهۡوَآءَ قَوۡمٖ قَدۡ ضَلُّواْ مِن قَبۡلُ وَأَضَلُّواْ كَثِيرٗا وَضَلُّواْ عَن سَوَآءِ ٱلسَّبِيلِ ٧٧

77. Ntumwa y'Imana! Bwira abahawe Igitabu c'Injili uti: "Ntimukarenze urugero rw'ukwemera mw'idini ryanyu ku vyerekeye Masihi, kandi ntimugatwarwe n'ivyipfuzo vyanyu ngo muhube; nk'uko abo hambere yanyu mu bayahudi batwawe n'ivyipfuzo vyabo mw'idini bagahuba, bakanahubisha n'abandi benshi mu bantu, baranahuvye inzira igororotse".

لُعِنَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ مِنۢ بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ عَلَىٰ لِسَانِ دَاوُۥدَ وَعِيسَى ٱبۡنِ مَرۡيَمَۚ ذَٰلِكَ بِمَا عَصَواْ وَّكَانُواْ يَعۡتَدُونَ ٧٨

78. Abagararije rero muri Bene Israyeli baramaze kuvumwa n'Imana Allah muri Zaburi yamanuriwe Intumwa Dawudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah), no mu Njili yamanuriwe Intumwa Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah). Iryo vumwa ryatewe n'ubugaba bwabo bwo kutumvira Imana Allah, baranarenga no ku mabwirizwa yayo;

كَانُواْ لَا يَتَنَاهَوۡنَ عَن مُّنكَرٖ فَعَلُوهُۚ لَبِئۡسَ مَا كَانُواْ يَفۡعَلُونَ ٧٩

79. Bakora ivyaha izuba riva, ntibabuzanya na gato kubikora. Ni ukuri ivyo bakora ni bibi cane;

تَرَىٰ كَثِيرٗا مِّنۡهُمۡ يَتَوَلَّوۡنَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْۚ لَبِئۡسَ مَا قَدَّمَتۡ لَهُمۡ أَنفُسُهُمۡ أَن سَخِطَ ٱللَّهُ عَلَيۡهِمۡ وَفِي ٱلۡعَذَابِ هُمۡ خَٰلِدُونَ ٨٠

80. Ntumwa y'Imana! Uzobona rero abenshi mu bayahudi bagira abagararije abagenzi somambike bacuditse. Ni ukuri, ivyo bakoze ni bibi cane kuko vyatumye Imana Allah Ibashavurira, bituma baja no mu muriro bazobamwo ibihe bidahera;

وَلَوۡ كَانُواْ يُؤۡمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلنَّبِيِّ وَمَآ أُنزِلَ إِلَيۡهِ مَا ٱتَّخَذُوهُمۡ أَوۡلِيَآءَ وَلَٰكِنَّ كَثِيرٗا

81. Iyo baba bemera Imana Allah n'Umuvugishwamana wayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bakemera n'ivyo yamumanuriye muri Qor'ani, ntibari kugira abagararije abagenzi somambike bacuditse,

ariko rero abenshi muri bo, ni ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

مِّنْهُمْ فَٰسِقُونَ ﴿٨١﴾

82. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri uzosanga abantu barangwa n'urwanko gusumba abandi ku bemeramana bagukurikiye, ari abayahudi babasharika hamwe rero n'ababangikanyamana, kandi ni ukuri uzosanga abarangwa n'urukundo rwa hafi muri bo ku bemeramana bagukurikiye, ari abavuze bati: "Twebwe mu vy'ukuri, turi abanaswara". Ivyo bigaterwa n'uko muri bo, harimwo abamenyi b'indongozi n'abiyeguriye amasengesho; bikanaterwa kandi n'uko bicisha bugufi bakakira ukuri[1];

۞لَتَجِدَنَّ أَشَدَّ ٱلنَّاسِ عَدَٰوَةً لِّلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱلْيَهُودَ وَٱلَّذِينَ أَشْرَكُواْ ۖ وَلَتَجِدَنَّ أَقْرَبَهُم مَّوَدَّةً لِّلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱلَّذِينَ قَالُوٓاْ إِنَّا نَصَٰرَىٰ ۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّ مِنْهُمْ قِسِّيسِينَ وَرُهْبَانًا وَأَنَّهُمْ لَا يَسْتَكْبِرُونَ ﴿٨٢﴾

83. N'iyo bumvise Qor'ani yahishuriwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ubona amosozi yicunda mu maso, biturutse ku kuri batahuye, ko kuva ku Mana Allah[2] kukabanyura, bagaheza rero bakemanga bavuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Twakwemeye twanakurikiye n'Intumwa yawe. Kubera ivyo rero, duhe iteka ryo kwandikwa hamwe n'intungane mu bakurikiye Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bazoba ivyabona vy'ukuri vyagiriza abagarariji ku musi w'izuka;

وَإِذَا سَمِعُواْ مَآ أُنزِلَ إِلَى ٱلرَّسُولِ تَرَىٰٓ أَعْيُنَهُمْ تَفِيضُ مِنَ ٱلدَّمْعِ مِمَّا عَرَفُواْ مِنَ ٱلْحَقِّ ۖ يَقُولُونَ رَبَّنَآ ءَامَنَّا فَٱكْتُبْنَا مَعَ ٱلشَّٰهِدِينَ ﴿٨٣﴾

84. Twobuzwa n'iki kwemera Imana Allah hamwe no kwemera tugakurikira ukuri twashikirijwe n'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) kuvuye ku Mana Allah, tukanizera ko Imana yacu Rurema Allah Izotwinjiza mu Bwami bw'ijuru hamwe n'aberanda bayumvira!".

وَمَا لَنَا لَا نُؤْمِنُ بِٱللَّهِ وَمَا جَآءَنَا مِنَ ٱلْحَقِّ وَنَطْمَعُ أَن يُدْخِلَنَا رَبُّنَا مَعَ ٱلْقَوْمِ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿٨٤﴾

85. Kubera ukwo kwemanga rero, Imana Allah Izobahemba imirima yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera. Iyo ni na yo ndishi rero yagenewe abagwaneza mu mvugo n'ingiro.

فَأَثَٰبَهُمُ ٱللَّهُ بِمَا قَالُواْ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا ۚ وَذَٰلِكَ جَزَآءُ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٨٥﴾

86. Nayo abagararije bakanahakana bivuye inyuma Aayah zacu Twebwe Allah Twamanuriye Intumwa zacu, abo ni bo bantu rero bo mu muriro ururumba.

وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَكَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَآ أُوْلَٰٓئِكَ أَصْحَٰبُ ٱلْجَحِيمِ ﴿٨٦﴾

87. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukaziririze ivyiza biryoshe vyarekuwe n'Imana Allah mu mfungurwa, ibinyobwa no kwabira abakenyezi, kandi ntimukarenge ku mabwirizwa yayo mu gukora ivyo Yababujije. Mu vy'ukuri,

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تُحَرِّمُواْ طَيِّبَٰتِ مَآ أَحَلَّ ٱللَّهُ لَكُمْ وَلَا تَعْتَدُوٓاْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ ٱلْمُعْتَدِينَ ﴿٨٧﴾

[1] Abo rero, ni bo bakiriye ukuri bakemera ubutumwa bw'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

[2] Nk'uko vyashikiye abanaswara bo muri Etiyopiya igihe bumva Qor'ani isomwe n'umwe mu ntumwa zarungitsweyo n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Imana Allah ntikunda namba abarenga imbibe zayo z'ibibujijwe.

88. Nimufungure rero ibirekuwe mu vyo Imana Allah Yabaronkeje, muheze muyitinye mu kwubahiriza amabwirizwa yayo nimwaba koko ari Yo mwemera.

وَكُلُواْ مِمَّا رَزَقَكُمُ ٱللَّهُ حَلَٰلًا طَيِّبٗا وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ ٱلَّذِيٓ أَنتُم بِهِۦ مُؤۡمِنُونَ ٨٨

89. Imana Allah ntibahanira indahiro murahiye ku kwihenda bitavuye ku mutima, ariko Ibahanira indahiro murahiye n'ibigirankana bivuye ku mutima. Nimutubahiriza ivyo mwarahiriye rero, icuhagizo co kurenga ku ndahiro, ni ugufungurira abakene cumi, umwe wese muri bo akaronswa ibingana no kuyoza amashi incuro zibiri mu mfungurwa musanzwe mufungura; canke kubambika, umwe wese akaronswa umwambaro mu nyambarwa musanzwe mwambara, canke guhereza ubwigenge umugurano umwe[1]. Uwudashoboye rero kugira kimwe muri ivyo, abwirizwa gupfunga imisi itatu. Ukugira kimwe muri ivyo rero, ni co cuhagizo co kurenga ku ndahiro nimwaramuka murahiye. Muracungera rero indahiro zanyu mu kwirinda kurahira, mu kwubahiriza indahiro canke mu kugira icuhagizo mu gihe mworenga ku ndahiro. Ni nk'ukwo nyene rero Imana Allah Ibatomorera ingingo z'idini ryayo kugira muyishimire ku kuntu Ibarongora mu nzira yayo igororotse.

لَا يُؤَاخِذُكُمُ ٱللَّهُ بِٱللَّغۡوِ فِيٓ أَيۡمَٰنِكُمۡ وَلَٰكِن يُؤَاخِذُكُم بِمَا عَقَّدتُّمُ ٱلۡأَيۡمَٰنَۖ فَكَفَّٰرَتُهُۥٓ إِطۡعَامُ عَشَرَةِ مَسَٰكِينَ مِنۡ أَوۡسَطِ مَا تُطۡعِمُونَ أَهۡلِيكُمۡ أَوۡ كِسۡوَتُهُمۡ أَوۡ تَحۡرِيرُ رَقَبَةٖۖ فَمَن لَّمۡ يَجِدۡ فَصِيَامُ ثَلَٰثَةِ أَيَّامٖۚ ذَٰلِكَ كَفَّٰرَةُ أَيۡمَٰنِكُمۡ إِذَا حَلَفۡتُمۡۚ وَٱحۡفَظُوٓاْ أَيۡمَٰنَكُمۡۚ كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمۡ ءَايَٰتِهِۦ لَعَلَّكُمۡ تَشۡكُرُونَ ٨٩

90. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ni ukuri, inzoga[2], urusimbi[3], ibigirwamana[4] no gusokora imyampi mu ndaha[5] mu ntumbero yo kumenya ico mwokora canke ico mworeka muri kazoza, ivyo vyose ni ibicumuro bituruka ku nyoshambi za shetani, nimuvyirinde rero kugira muronke intsinzi ihambaye y'Ubwami bw'ijuru.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِنَّمَا ٱلۡخَمۡرُ وَٱلۡمَيۡسِرُ وَٱلۡأَنصَابُ وَٱلۡأَزۡلَٰمُ رِجۡسٞ مِّنۡ عَمَلِ ٱلشَّيۡطَٰنِ فَٱجۡتَنِبُوهُ لَعَلَّكُمۡ تُفۡلِحُونَ ٩٠

91. Ni ukuri, shetani ishaka gutera urwanko n'inzigo hagati yanyu ibicishije mu kunywa inzoga no gukina urusimbi, gutyo ibabuze kuninahaza no gutazira Imana Allah,

إِنَّمَا يُرِيدُ ٱلشَّيۡطَٰنُ أَن يُوقِعَ بَيۡنَكُمُ ٱلۡعَدَٰوَةَ وَٱلۡبَغۡضَآءَ فِي ٱلۡخَمۡرِ وَٱلۡمَيۡسِرِ

---

[1] Uwurenze ku ndahiro, icuhagizo ciwe agira muri ico gihe, ni kimwe muri ivyo bintu bitatu.

[2] Inzoga, ni ikintu ico ari co cose kiboreza kigatuma umuntu adatandukanya icatsi n'ururo.

[3] Urusimbi canke "akamari", ni urukino urwo ari rwo rwose rukoreshwamwo amahera canke ikindi kintu abarukina basheta, kigatwarwa n'uwutsinze muri bo.

[4] Ibigirwamana bivugwa ng'aha, ni ikintu ico ari co cose gishingwa ahantu kigakerererwa, canke kigaterekererwa, canke kigahabwa icubahiro co gutakambirwa mu gusengwa.

[5] Gusokora imyampi mu ndaha, ni uburyo bukoreshwa mu gushaka kumenya ico wokora canke ico woreka gukora muri kazoza. Ukwo babigenza rero, barafata imyampi yanditsweko "Ego" n'iyanditsweko "Oya", bagaheza bakayishira mu ndaha bakayizungagiza, baheza bagasokora umwampi umwe, gutyo basokoye umwampi wanditseko "Ego" umuntu akabona kugira ico yipfuza, basokora uwanditseko "Oya", umuntu agaca areka kugira ico yipfuza. Ubwo buryo rero, kirazira ku mwislamu kubukoresha mu ntumbero yo gushaka kumenya ibinyegejwe ibiremwa bizoba muri kazoza.

inababuze no gutsimbataza amasengesho, nimuvavanure na vyo rero;

وَيَصُدَّكُمْ عَن ذِكْرِ ٱللَّهِ وَعَنِ ٱلصَّلَوٰةِ فَهَلْ أَنتُم مُّنتَهُونَ ﴿٩١﴾

92. Muheze mwumvire Imana Allah mwumvire n'Intumwa yayo, muniyubare ibihano vyayo mu vyo mugira vyose. Nimwagenza umugongo mukirengagiza amabwirizwa y'Imana Allah, muramenya mu vy'ukuri ko ico Intumwa yacu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ijejwe gukora, ari ugushikiriza gusa ubutumwa butomoye.

وَأَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَأَطِيعُواْ ٱلرَّسُولَ وَٱحْذَرُواْ ۚ فَإِن تَوَلَّيْتُمْ فَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّمَا عَلَىٰ رَسُولِنَا ٱلْبَلَٰغُ ٱلْمُبِينُ ﴿٩٢﴾

93. Abemeye Imana Allah bakanakora n'ivyiza bitegetswe, nta caha kiri kuri bo co kunywa inzoga imbere yuko iziririzwa; mu gihe bovavanura na yo bakirinda gukora ibishavuza Imana Allah banayemera, bagashishikara gukora n'ivyiza bitegetswe, hanyuma bakabandanya batinya Imana Allah bayigamburukira, banayemera gushika n'aho barangwa n'ubugwaneza mu kwiyegereza Imana Allah banayisenga nk'aho bayibona imbona nkubone. Burya Imana Allah Irakunda abarangwa n'ubugwaneza gushika aho bemera ibinyegejwe ibiremwa nk'aho babibona.

لَيْسَ عَلَى ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ جُنَاحٌ فِيمَا طَعِمُوٓاْ إِذَا مَا ٱتَّقَواْ وَّءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ ثُمَّ ٱتَّقَواْ وَّءَامَنُواْ ثُمَّ ٱتَّقَواْ وَّأَحْسَنُواْ ۗ وَٱللَّهُ يُحِبُّ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٩٣﴾

94. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ni ukuri Imana Allah Izobagerageza mu kugira uruhigi rw'igihirwa mushoboye gufatisha iminwe yanyu, n'ico muteye amacumu mugaheza mukagifata. Iryo geragezwa mu ruhigi, ni ukugira ngo Imana Allah Yerekane uwuyitinya vy'ukuri atayibona, agaheza rero akareka kugira urwo ruhigi mu gihe yambaye urubega mw'ishengerera ry'ingoro ntagatifu canke mw'igendera ryayo. Uwuzorenga rero ku mabwirizwa y'Imana Allah inyuma yo gushikirwa n'iyi ngingo akagira uruhigi, namenye ko azohabwa ibihano bibabaza.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَيَبْلُوَنَّكُمُ ٱللَّهُ بِشَيْءٍ مِّنَ ٱلصَّيْدِ تَنَالُهُۥٓ أَيْدِيكُمْ وَرِمَاحُكُمْ لِيَعْلَمَ ٱللَّهُ مَن يَخَافُهُۥ بِٱلْغَيْبِ ۚ فَمَنِ ٱعْتَدَىٰ بَعْدَ ذَٰلِكَ فَلَهُۥ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٩٤﴾

95. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukice ibihigwa vy'imusozi mu gihe mwamaze kuzirikana ishengerera canke igendera ry'ingoro ntagatifu mukambara urubega, canke mu gihe muri mu karere gatagatifu k'i Makka. Uwo wese rero muri mwebwe azokwica n'ibigirankana igihigwa c'imusozi co mu bwoko ubwo ari bwo bwose, azohanishwa ugutanga imbagwa ingana n'ico gihigwa mu bitungwa [1], igenwe n'ingingo ifatwa n'abantu babiri b'intungane muri mwebwe, iyo mbagwa izoheza ihabwe abakene basanzwe baba i Makka; canke ahanishwe ugutanga amafaranga angana n'agaciro k'ico gitungwa, maze asumishwe

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَقْتُلُواْ ٱلصَّيْدَ وَأَنتُمْ حُرُمٌ ۚ وَمَن قَتَلَهُۥ مِنكُم مُّتَعَمِّدًا فَجَزَآءٌ مِّثْلُ مَا قَتَلَ مِنَ ٱلنَّعَمِ يَحْكُمُ بِهِۦ ذَوَا عَدْلٍ مِّنكُمْ هَدْيًۢا بَٰلِغَ ٱلْكَعْبَةِ أَوْ كَفَّٰرَةٌ طَعَامُ مَسَٰكِينَ أَوْ عَدْلُ ذَٰلِكَ صِيَامًا لِّيَذُوقَ وَبَالَ أَمْرِهِۦ ۗ عَفَا ٱللَّهُ عَمَّا سَلَفَ ۚ وَمَنْ عَادَ فَيَنتَقِمُ ٱللَّهُ مِنْهُ ۗ وَٱللَّهُ عَزِيزٌ ذُو ٱنتِقَامٍ ﴿٩٥﴾

[1] Ingamiya, inka canke intungwa.

imfungurwa zihabwa abakene basanzwe bacumbitse i Makka, umwe wese muri bo aheze aronswe imfungurwa zingana n'ivyo mwoyoza amashi incuro zibiri; canke ahanishwe ugupfunga umusi umwumwe mu gishingo co gutanga imfungurwa zingana n'ivyo mwoyoza amashi incuro zibiri. Imana Allah rero Yategetse ko yohanishwa kimwe muri ivyo, kugira ahonje ingaruka y'igihano c'ivyo yakoze. Imana Allah Izoharira ibicumuro vy'abagize urwo ruhigi imbere yuko ruziririzwa. Uwuzosubira kurenga kuri iryo bwirizwa inyuma y'aho, Imana Allah Izobimuhanira. Burya Imana Allah ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenukwihora mu guhana ibigaba.

أُحِلَّ لَكُمْ صَيْدُ ٱلْبَحْرِ وَطَعَامُهُۥ مَتَٰعًا لَّكُمْ وَلِلسَّيَّارَةِ ۖ وَحُرِّمَ عَلَيْكُمْ صَيْدُ ٱلْبَرِّ مَا دُمْتُمْ حُرُمًا ۗ وَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ ٱلَّذِىٓ إِلَيْهِ تُحْشَرُونَ ﴿٩٦﴾

96. Bislamu! Mu gihe mumaze kuzirikana ishengerera canke igendera ry'ingoro ntagatifu mukambara urubega, murarekuriwe kuroba mw'ibahari no gufungura ivyo mwarovye bikiri bizima. Muranarekuriwe gufungura n'ivyapfiriye mw'ibahari, kugira muvyikoreko mu gihe muri mu mihana yanyu no mu gihe muri ku rugendo. Kizire kiziririzwe rero kuri mwebwe kugira uruhigi rw'imusozi mu gihe cose muzoba mwamaze kuzirikana ishengerera canke igendera ry'ingoro ntagatifu mukambara urubega. Muraheza rero mutinye Imana Allah mu kuyigamburukira mu vyo mukora, iwayo ni ho muzokwegeranirizwa kugira Ibahembere ivyo mwakoze.

جَعَلَ ٱللَّهُ ٱلْكَعْبَةَ ٱلْبَيْتَ ٱلْحَرَامَ قِيَٰمًا لِّلنَّاسِ وَٱلشَّهْرَ ٱلْحَرَامَ وَٱلْهَدْىَ وَٱلْقَلَٰٓئِدَ ۚ ذَٰلِكَ لِتَعْلَمُوٓا۟ أَنَّ ٱللَّهَ يَعْلَمُ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ وَأَنَّ ٱللَّهَ بِكُلِّ شَىْءٍ عَلِيمٌ ﴿٩٧﴾

97. Al-ka'ba, Imana Allah Yayigize ingoro ntagatifu kugira abantu bubahirize ukwemera kwabo mw'iteka n'itekane, Inaziririza gusotorana no kurwana mu mezi matagatifu[1], kwiha na kimwe ku mbagwa hamwe no kwihagira imbagwa mu bitungwa vyagenewe abakene basanzwe bacumbitse i Makka. Izo ngingo zafashwe kugira mumenye neza mu vy'ukuri, ko Imana Allah Izi bikwiye ibiri mu majuru no mw'isi vyose[2], n'uko mu vy'ukuri Imana Allah ari Nyenubumenyikurivyose.

ٱعْلَمُوٓا۟ أَنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلْعِقَابِ وَأَنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٩٨﴾

98. Bantu! Nimumenye ko Imana Allah Ihana Igahasha ibigaba, n'uko Imana Allah ari Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

مَّا عَلَى ٱلرَّسُولِ إِلَّا ٱلْبَلَٰغُ ۗ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ مَا تُبْدُونَ وَمَا تَكْتُمُونَ ﴿٩٩﴾

99. Nta co Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ijejwe gukora, kiretse ugushikiriza gusa ubutumwa, nayo Imana Allah Irazi neza ivyo muserura mu bikorwa n'amajambo, hamwe rero n'ubugororotsi canke ubuhuvyi muhisha mu mishaha yanyu.

[1] Ayo mezi, ni ukwezi kwa 11 (Dhu l-Qa'da), n'ukwa 12 (Dhu l-Hijja), n'ukwa 1 (Muharram), hamwe n'ukwa 7 (Rajab) ku kirangamisi c'ikislamu.
[2] Nko gufata ingingo zikingira ibiremwa kutarenganya ibindi.

100. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Muntu! Ikibi ntikingana n'iciza mu ndishi[1], n'aho wotangazwa n'ubwinshi bw'ibibi n'ababikora." Emwe banyabwenge! Nimutinye rero Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo kugira muronke intsinzi ihambaye y'Ubwami bw'ijuru!

قُل لَّا يَسْتَوِى ٱلْخَبِيثُ وَٱلطَّيِّبُ وَلَوْ أَعْجَبَكَ كَثْرَةُ ٱلْخَبِيثِ ۚ فَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ يَٰٓأُو۟لِى ٱلْأَلْبَٰبِ لَعَلَّكُمْ تُفْلِحُونَ ﴿١٠٠﴾

101. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukabaze ku ngingo yerekeye ibintu mutatomorewe mw'idini[2], kandi mu gihe mwotomorerwa ingingo yavyo yobaremera kuyubahiriza. Mu gihe mwobaza ingingo yavyo Intumwa ikihari ikimanurirwa Qor'ani, mwotomorewe ingingo yavyo. Imana Allah Yaretse kubatomorera ingingo yavyo Ibibona ku neza yanyu, kugira ntimunanirwe kuvyubahiriza. Burya Imana Allah ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenubwitonzi-ntangere, ntiyihutira guhana.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَا تَسْـَٔلُوا۟ عَنْ أَشْيَآءَ إِن تُبْدَ لَكُمْ تَسُؤْكُمْ وَإِن تَسْـَٔلُوا۟ عَنْهَا حِينَ يُنَزَّلُ ٱلْقُرْءَانُ تُبْدَ لَكُمْ عَفَا ٱللَّهُ عَنْهَا ۗ وَٱللَّهُ غَفُورٌ حَلِيمٌ ﴿١٠١﴾

102. Ni ukuri, abantu bo hambere yanyu barabajije Intumwa zabo ibibazo nk'ivyo, bamaze gutomorerwa ingingo yavyo baraheza baragarariza, ntibavyubahiriza.

قَدْ سَأَلَهَا قَوْمٌ مِّن قَبْلِكُمْ ثُمَّ أَصْبَحُوا۟ بِهَا كَٰفِرِينَ ﴿١٠٢﴾

103. Imana Allah ntiyigeze Izirirriza ikoreshwa ry'igitungwa caciwe ugutwi kikagenerwa ibigirwamana; igitungwa catanzwe ikimazi ku bigirwamana, igitungwa kivyaye inyana cikurikiranya, n'impfizi y'ingamiya yimije incuro cumi[3], ariko ababangikanyamana bomekereye ivyo vyose ku Mana Allah bayibeshera, kandi abenshi muri bo ntibatandukanya ukuri n'ikinyoma.

مَا جَعَلَ ٱللَّهُ مِنۢ بَحِيرَةٍ وَلَا سَآئِبَةٍ وَلَا وَصِيلَةٍ وَلَا حَامٍ وَلَٰكِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ يَفْتَرُونَ عَلَى ٱللَّهِ ٱلْكَذِبَ ۖ وَأَكْثَرُهُمْ لَا يَعْقِلُونَ ﴿١٠٣﴾

104. Abaziririza ibitaziririjwe n'Imana Allah, iyo babwiwe bati: "Enda nyabuna nimuze ku vyamanuwe n'Imana Allah no ku nyigisho z'Intumwa yayo kugira mumenye ikizira n'ikirekuwe"; bishura bati: "Ivyo twarazwe n'abavyeyi bacu birahagije". Mbega bavuga ivyo, n'aho abavyeyi babo boba ata na kimwe batahura, batanashobora no gutumbera inzira igororotse!

وَإِذَا قِيلَ لَهُمْ تَعَالَوْا۟ إِلَىٰ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ وَإِلَى ٱلرَّسُولِ قَالُوا۟ حَسْبُنَا مَا وَجَدْنَا عَلَيْهِ ءَابَآءَنَآ ۚ أَوَلَوْ كَانَ ءَابَآؤُهُمْ لَا يَعْلَمُونَ شَيْـًٔا وَلَا يَهْتَدُونَ ﴿١٠٤﴾

105. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwitwararike kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah, n'aho abantu batobumvira. Abahuvye inzira, nta co bazobicira mu gihe mwoguma mu nzira igororotse, mugategeka gukora ivyiza,

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ عَلَيْكُمْ أَنفُسَكُمْ ۖ لَا يَضُرُّكُم مَّن ضَلَّ إِذَا ٱهْتَدَيْتُمْ ۚ إِلَى ٱللَّهِ

---

[1] Mu ndishi rero, umugarariji ntangana n'umwemeramana; ikigaba ntikingana n'umwumviramana; ikijuju ntikingana n'incabwenge mu butore; uwadukana bishasha mw'idini ntangana n'uwukurikira inyigisho ata co yongeyeko; ibizira mu matungo ntivyubahwa co kimwe n'ibirekuwe muri yo.

[2] Nko kubaza ingingo yerekeye ibintu bitigera bibaho, canke kubaza ingingo yerekeye ibintu mu gihe yotomorwa yobaberamwo amananiza; nk'igihe Al-Aqra'u mwene Haabisi yabaza ko ugushengerera ingoro ntagatifu ari ku mwaka ku mwaka. Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ikamwishura iti: "Iyo nishura nti: "Ego cane!", ryaca riba itegeko ko mushengerera ingoro ntagatifu uko umwaka utashe, kandi ntimwari kubishobora namba".

[3] Carazira kuyurira no kuyikoresha ikintu na kimwe.

مَرْجِعُكُمْ جَمِيعًا فَيُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿١٠٥﴾

mukabuza no gukora ibibi. Impera n'imperuka, mwese muzosubira ku Mana Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kugira Ibamenyeshe ivyo mwakoze Inabibahembere.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ شَهَٰدَةُ بَيْنِكُمْ إِذَا حَضَرَ أَحَدَكُمُ ٱلْمَوْتُ حِينَ ٱلْوَصِيَّةِ ٱثْنَانِ ذَوَا عَدْلٍ مِّنكُمْ أَوْ ءَاخَرَانِ مِنْ غَيْرِكُمْ إِنْ أَنتُمْ ضَرَبْتُمْ فِى ٱلْأَرْضِ فَأَصَٰبَتْكُم مُّصِيبَةُ ٱلْمَوْتِ ۚ تَحْبِسُونَهُمَا مِنۢ بَعْدِ ٱلصَّلَوٰةِ فَيُقْسِمَانِ بِٱللَّهِ إِنِ ٱرْتَبْتُمْ لَا نَشْتَرِى بِهِۦ ثَمَنًا وَلَوْ كَانَ ذَا قُرْبَىٰ وَلَا نَكْتُمُ شَهَٰدَةَ ٱللَّهِ إِنَّآ إِذًا لَّمِنَ ٱلْءَاثِمِينَ ﴿١٠٦﴾

106. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ukwemeza iragi ry'uwuri ku mpfiro muri mwebwe, gusaba ivyabona bibiri vy'intungane muri mwebwe, canke ivyabona bibiri mu batari abislamu mu gihe hatoboneka abislamu, maze bikababera ivyabona mu kwemeza nya ragi igihe hogira uwushikirwa n'urupfu ari ku rugendo. Ivyo vyabona rero, nimwabigirako amakenga, muraheza mubihagurutse inyuma yo gusenga, canecane isengesho ryo ku muhingamo, biheze birahire kw'Izina ry'Imana Allah mu kwemeza iryo ragi, biti: "Turarahiye ko tutarota twakira igiturire mu kuba ivyabona n'aho twobera ivyabona uwo dusangiye umuryango; n'uko tutazonyegeza na kimwe mu kuri tuzi, tukaba ivyabona vy'ukuri ku bw'Imana Allah; nitwaramuka turenze kuri iyi ndahiro, tuzoba turi mu bacumuye".

فَإِنْ عُثِرَ عَلَىٰٓ أَنَّهُمَا ٱسْتَحَقَّآ إِثْمًا فَـَٔاخَرَانِ يَقُومَانِ مَقَامَهُمَا مِنَ ٱلَّذِينَ ٱسْتَحَقَّ عَلَيْهِمُ ٱلْأَوْلَيَٰنِ فَيُقْسِمَانِ بِٱللَّهِ لَشَهَٰدَتُنَآ أَحَقُّ مِن شَهَٰدَتِهِمَا وَمَا ٱعْتَدَيْنَآ إِنَّآ إِذًا لَّمِنَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٠٧﴾

107. Abasigwa b'umuhisi, nibamenya ko ivyo vyabona bikwiye kwagirizwa icaha co guhemuka mu kutaba ivyabona vy'ukuri canke mu kutemeza iragi nk'uko riri, muraheza muhagurutse ibindi vyabona bibiri mu basigwa b'umuhisi, biheze birahire kw'Izina ry'Imana Allah biti: "Ni ukuri, ivyo twemeza mu kuba ivyabona, ni ivy'ukuri, mbere bikwiye kwemerwa gusumba ivyemejwe n'ivyabona vya mbere, nta kuri twahonyanze mu vyo twemeje; nitwaramuka turenze kuri iyi ndahiro, tuzoba turi mu birenganije mu kurenga amabwirizwa y'Imana Allah".

ذَٰلِكَ أَدْنَىٰٓ أَن يَأْتُواْ بِٱلشَّهَٰدَةِ عَلَىٰ وَجْهِهَآ أَوْ يَخَافُوٓاْ أَن تُرَدَّ أَيْمَٰنٌۢ بَعْدَ أَيْمَٰنِهِمْ ۗ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَٱسْمَعُواْ ۗ وَٱللَّهُ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلْفَٰسِقِينَ ﴿١٠٨﴾

108. Iyo ngingo yo kurahizwa kw'ivyabona yubahirizwa muri ubwo buryo, ni yo ishobora gutuma ivyabona bishikiriza ukuri nk'uko bisabwa ku gutinya ibihano vy'Imana Allah, canke ku gutinya ko indahiro zavyo zosubizwa inyuma nk'indahiro z'aba mbere mu gihe borahira babesha, maze bakamaramara. Nimutinye rero Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo mu ndahiro zanyu, mwongere mwumve n'impanuro muhabwa. Burya Imana Allah ntirongora mu nzira yayo ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo.

۞ يَوْمَ يَجْمَعُ ٱللَّهُ ٱلرُّسُلَ فَيَقُولُ مَاذَآ أُجِبْتُمْ ۖ قَالُواْ لَا عِلْمَ لَنَآ ۖ إِنَّكَ أَنتَ عَلَّٰمُ ٱلْغُيُوبِ ﴿١٠٩﴾

109. Bantu! Nimwibuke umusi w'izuka! Umusi Imana Allah Izokwegeranya Intumwa zayo zose (za nyakugira amahoro y'Imana Allah), maze Ikazibaza ku kuntu zumviwe Iti: "Abantu mwarungitsweko babitabiriye gute!". Zizokwishura ziti: "Twebwe nta vyo twomenya kuko ntituzi

ibiri mu mitima, ntituzi n'ivyo badukanye mu nyuma! Mu vy'ukuri Wewe ni We Uzi neza ibinyegejwe ibiremwa".

110. Mwibuke n'umusi Imana Allah Izovuga Iti: "Ewe Isa mwene Mariyamu! Ibuka inema zanje naguhaye wewe[1] hamwe n'umuvyeyi wawe[2]. Wibuke na canecane igihe Nagushigikiza Mutimamutagatifu Jibrili, ukavugisha abantu ukiri uruyoya, ukongera ukararikira Bene Israyeli ukwemera Imana Allah umaze gukura. Wibuke n'igihe Nakwigisha kwandika no gutumbereza ukuri mu mvugo no mu ngiro, Nongera Ndakwigisha Tawurati yamanuriwe Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) n'Injili wamanuriwe. Wibuke kandi n'igihe wabumba mw'ivu igishusho c'inyoni ku burenganzira bwanje, maze ukagihuhamwo kigaca kiba inyoni iguruka ku burenganzira bwanje; ukanakiza uwavukanye ubuhumyi n'uwavukanye indwara y'ubukarabe ku burenganzira bwanje agakira. Wibuke n'igihe wasabira abapfuye kuzuka, bagaheza bakazuka badora ku burenganzira bwanje. Ivyo vyose rero, ukaba wabigira ku bushobozi n'uburenganzira bwanje Jewe Allah, bikaba ari na vyo bitangaro vyemeza ukuri kw'ubutumwa bwawe. Wibuke kandi igihe Nagukingira Bene Israyeli bashaka kukwica igihe wabazanira ibitangaro bigaragara vyemeza ubutumwa bwawe, abagarariji muri bo bagaca bavuga bati: "Ibitangaro yaje abazaniye, nta kindi biturukako kiretse ko ari uburozi bweruye"",

إِذْ قَالَ ٱللَّهُ يَٰعِيسَى ٱبْنَ مَرْيَمَ ٱذْكُرْ نِعْمَتِي عَلَيْكَ وَعَلَىٰ وَٰلِدَتِكَ إِذْ أَيَّدتُّكَ بِرُوحِ ٱلْقُدُسِ تُكَلِّمُ ٱلنَّاسَ فِي ٱلْمَهْدِ وَكَهْلًا ۖ وَإِذْ عَلَّمْتُكَ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحِكْمَةَ وَٱلتَّوْرَىٰةَ وَٱلْإِنجِيلَ ۖ وَإِذْ تَخْلُقُ مِنَ ٱلطِّينِ كَهَيْـَٔةِ ٱلطَّيْرِ بِإِذْنِي فَتَنفُخُ فِيهَا فَتَكُونُ طَيْرًۢا بِإِذْنِي ۖ وَتُبْرِئُ ٱلْأَكْمَهَ وَٱلْأَبْرَصَ بِإِذْنِي ۖ وَإِذْ تُخْرِجُ ٱلْمَوْتَىٰ بِإِذْنِي ۖ وَإِذْ كَفَفْتُ بَنِيٓ إِسْرَٰٓءِيلَ عَنكَ إِذْ جِئْتَهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ فَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ مِنْهُمْ إِنْ هَٰذَآ إِلَّا سِحْرٌ مُّبِينٌ ﴿١١٠﴾

111. Wibuke kandi inema zanje Naguhaye igihe Namenyesha abakunzi mu bigishwa bawe Nti: "Nimunyemere Jewe Allah mwemere n'Intumwa yanje", baraheza baremanga bati: "Twaremeye Mana! Tubere n'icabona ko twebwe mu vy'ukuri twicisha bugufi, turi abislamu".

وَإِذْ أَوْحَيْتُ إِلَى ٱلْحَوَارِيِّـۧنَ أَنْ ءَامِنُوا۟ بِي وَبِرَسُولِي قَالُوٓا۟ ءَامَنَّا وَٱشْهَدْ بِأَنَّنَا مُسْلِمُونَ ﴿١١١﴾

112. Igihe rero abakunzi mu bigishwa biwe bavuga bati: "Ewe Isa mwene Mariyamu! Burya Imana yawe Rurema Allah mu gihe woyisaba, Yoshobora kutumanurira imeza y'imfugurwa ivuye mw'ijuru?". Isa mwene Mariyamu yabahanuye ati: "Nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo nimwaba muri abemeramana vy'ukuri";

إِذْ قَالَ ٱلْحَوَارِيُّونَ يَٰعِيسَى ٱبْنَ مَرْيَمَ هَلْ يَسْتَطِيعُ رَبُّكَ أَن يُنَزِّلَ عَلَيْنَا مَآئِدَةً مِّنَ ٱلسَّمَآءِ ۖ قَالَ ٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿١١٢﴾

113. Abakunzi mu bigishwa biwe bavuze bati: "Dushaka gufungura ku mfungurwa ziri kuri nya meza, gutyo imitima yacu iturure, duheze tumenye ata makenga ko watubwiye

قَالُوا۟ نُرِيدُ أَن نَّأْكُلَ مِنْهَا وَتَطْمَئِنَّ قُلُوبُنَا وَنَعْلَمَ أَن قَدْ صَدَقْتَنَا وَنَكُونَ

[1] Mu kukurema mu buryo bw'igitangaro utagira so.
[2] Mu kumutora mu bakenyezi bose Nkamuha icubahiro, Nkanamweza n'ingeso mbi z'ubwoko bwose.

ukuri ku bijanye n'ubutumwa bwawe, twongere tube no mu biboneye n'amaso igitangaro c'iyo meza cemeza ko uri Intumwa";

عَلَيۡهَا مِنَ ٱلشَّٰهِدِينَ ١١٣

114. Isa mwene Mariyamu yaciye abasabira avuga ati: "Mana yanje Nzima! Mana yacu Rurema Allah! Ndagusavye Utumanurire imeza y'imfungurwa ivuye mw'ijuru, maze umusi w'imanurwa ryayo, tuzowugira umusi mukuru tuzokwama twibuka twebwe n'abazokurikira, gutyo nya meza itubere igitangaro kivuye iwawe cerekana ko uri Imana Imwe Rudende n'uko ubutumwa bwanje ari ubw'ukuri, Wongere Uturonse kandi n'ibitubeshaho, burya Wewe uri Umwiza w'abaronsa ibibeshaho ibiremwa".

قَالَ عِيسَى ٱبۡنُ مَرۡيَمَ ٱللَّهُمَّ رَبَّنَآ أَنزِلۡ عَلَيۡنَا مَآئِدَةٗ مِّنَ ٱلسَّمَآءِ تَكُونُ لَنَا عِيدٗا لِّأَوَّلِنَا وَءَاخِرِنَا وَءَايَةٗ مِّنكَۖ وَٱرۡزُقۡنَا وَأَنتَ خَيۡرُ ٱلرَّٰزِقِينَ ١١٤

115. Imana Allah Yaramwishuye Iti: "Jewe mu vy'ukuri, Ndabamanurira iyo meza y'imfungurwa musavye. Inyuma y'imanurwa ryayo rero, uwuzogarariza muri mwebwe Imana Allah n'Intumwa yayo Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), aramenya ko mu vy'ukuri Nzomuha ibihano ruhasha ntazohanisha uwundi n'umwe mu biremwa".

قَالَ ٱللَّهُ إِنِّي مُنَزِّلُهَا عَلَيۡكُمۡۖ فَمَن يَكۡفُرۡ بَعۡدُ مِنكُمۡ فَإِنِّيٓ أُعَذِّبُهُۥ عَذَابٗا لَّآ أُعَذِّبُهُۥٓ أَحَدٗا مِّنَ ٱلۡعَٰلَمِينَ ١١٥

116. Nimwibuke kandi umusi w'izuka, igihe Imana Allah Yavuze Iti: "Ewe Isa mwene Mariyamu! Mbega ni wewe wabwiye abantu uti: "Nimungire jewe hamwe n'umuvyeyi wanje Mariyamu imana musenga mu gishingo c'Imana Allah!"". Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) azokwishura ati: "Ininahazwa ni iry'iwawe Mana! Sindekuriwe namba kubwira abantu ikitari ukuri. Ninaba naho narabivuze, ni ukuri warabimenye kuko ntakikwinyegeza, Urazi ibiri muri jewe mu gihe jewe ntazi ibiri muri Wewe. Mu vy'ukuri Wewe, ni We Uzi neza ibinyegejwe ibiremwa;

وَإِذۡ قَالَ ٱللَّهُ يَٰعِيسَى ٱبۡنَ مَرۡيَمَ ءَأَنتَ قُلۡتَ لِلنَّاسِ ٱتَّخِذُونِي وَأُمِّيَ إِلَٰهَيۡنِ مِن دُونِ ٱللَّهِۖ قَالَ سُبۡحَٰنَكَ مَا يَكُونُ لِيٓ أَنۡ أَقُولَ مَا لَيۡسَ لِي بِحَقٍّۚ إِن كُنتُ قُلۡتُهُۥ فَقَدۡ عَلِمۡتَهُۥۚ تَعۡلَمُ مَا فِي نَفۡسِي وَلَآ أَعۡلَمُ مَا فِي نَفۡسِكَۚ إِنَّكَ أَنتَ عَلَّٰمُ ٱلۡغُيُوبِ ١١٦

117. Sinigeze na rimwe ndababwira kiretse ivyo Wantegetse Uti: "Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende, ni Yo Mana yanje Ikaba n'Imana yanyu Rurema"; igihe cose nari nkiri kumwe na bo rero, nari icabona ku vyo bavuga no ku vyo bakora. Umaze kunderura nkaza iwawe mw'ijuru, ni Wewe gusa Wari Umurereretsi w'ivyo bakora kw'isi, ni na Wewe uri Cabonamurivyose, kuko Uzi ivyo bakoze vyose;

مَا قُلۡتُ لَهُمۡ إِلَّا مَآ أَمَرۡتَنِي بِهِۦٓ أَنِ ٱعۡبُدُواْ ٱللَّهَ رَبِّي وَرَبَّكُمۡۚ وَكُنتُ عَلَيۡهِمۡ شَهِيدٗا مَّا دُمۡتُ فِيهِمۡۖ فَلَمَّا تَوَفَّيۡتَنِي كُنتَ أَنتَ ٱلرَّقِيبَ عَلَيۡهِمۡۚ وَأَنتَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ شَهِيدٌ ١١٧

118. Mana Allah! Uramutse ubahaniye ivyo bakoze, bo mu vy'ukuri ni abaja bawe, Urabafiseko uburenganzira; Ubagumirije akabanga ku vyaha vyabo naho, maze ku mpuhwe zawe Ukareka kubihanira uwigaye muri bo,

إِن تُعَذِّبۡهُمۡ فَإِنَّهُمۡ عِبَادُكَۖ وَإِن تَغۡفِرۡ لَهُمۡ فَإِنَّكَ أَنتَ ٱلۡعَزِيزُ ٱلۡحَكِيمُ ١١٨

Wewe mu vy'ukuri ni We Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ukora".

قَالَ ٱللَّهُ هَٰذَا يَوۡمُ يَنفَعُ ٱلصَّٰدِقِينَ صِدۡقُهُمۡۚ لَهُمۡ جَنَّٰتٞ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدٗاۖ رَّضِيَ ٱللَّهُ عَنۡهُمۡ وَرَضُواْ عَنۡهُۚ ذَٰلِكَ ٱلۡفَوۡزُ ٱلۡعَظِيمُ ١١٩

119. Imana Allah Izobwira Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Iti: "Uwu musi w'izuka rero, ni umusi w'indishi, aho ukwemera kugirira akamaro imvugakuri mu bemeramana zubahirije amabwirizwa y'Imana Allah. Zarategekanirijwe imirima yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera, mu nema zamaho. Imana Allah Yarabishimiye, Iraheza Ibakirira ivyiza vyabo, na bo nyene kandi barishimiye indishi y'ivyo bakoze, iyo rero ni yo ntsinzi ihambaye".

لِلَّهِ مُلۡكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَمَا فِيهِنَّۚ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٌ ١٢٠

120. Imana Allah ni Yo Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo. Burya Imana Allah rero, ni na Yo Mushoboravyose.

6. Al-An'aam (Ibitungwa)
Aayah 165, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

ٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ ٱلَّذِي خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ وَجَعَلَ ٱلظُّلُمَٰتِ وَٱلنُّورَۖ ثُمَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِرَبِّهِمۡ يَعۡدِلُونَ ١

1. Ishimagizwa ni iry'Imana Allah[1], Yo Yaremye amajuru n'isi n'ibiri muri vyo; Irema n'umuco utuma haba ikurakuranwa ry'ijoro n'umurango. Hamwe n'ivyo biranga ubushobozi n'ububasha bw'Imana Allah, abagararije banganisha Imana Allah n'ibiremwa bakayibangikanya na vyo.

هُوَ ٱلَّذِي خَلَقَكُم مِّن طِينٖ ثُمَّ قَضَىٰٓ أَجَلٗاۖ وَأَجَلٞ مُّسَمًّى عِندَهُۥۖ ثُمَّ أَنتُمۡ تَمۡتَرُونَ ٢

2. Ni Yo Yaremye mw'ivu so wanyu mukomokako Adamu, hanyuma Iraheza Irabagenera ikiringo co kubaho kw'isi, n'ikindi kiringo ntarengwa kizwi na Yo gusa co guhona ku musi w'umuhero. Inyuma y'ivyo vyose rero, mukabandanya kugira amakenga ku bushobozi n'ububasha bw'Imana Allah bwo kuzura abapfuye.

وَهُوَ ٱللَّهُ فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَفِي ٱلۡأَرۡضِ يَعۡلَمُ سِرَّكُمۡ وَجَهۡرَكُمۡ وَيَعۡلَمُ مَا تَكۡسِبُونَ ٣

3. Iyo Mana Allah, ni Yo Ikwiye gusengwa mu majuru no mw'isi. ni Yo Izi neza ivyo muhisha n'ivyo mugaragaza vyose, Iranazi n'ivyo mugira vyaba vyiza canke bibi.

وَمَا تَأۡتِيهِم مِّنۡ ءَايَةٖ مِّنۡ ءَايَٰتِ رَبِّهِمۡ إِلَّا كَانُواْ عَنۡهَا مُعۡرِضِينَ ٤

4. Abagarariza Imana Allah ntibashikirwa n'icemezo mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, n'uko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari Intumwa vy'ukuri, kiretse ko batavyemera, baranavyirengagiza;

[1] Imana Allah, ni Yo Ikwiye gushimwa ku nema zayo z'ubwoko bwose, iziboneka n'izitaboneka, izishingiye ku kwemera n'izishingiye ku kubeshaho ibiremwa vyose. Kubera ivyo rero, nta kintu na kimwe gikwiye gusengwa hamwe na Yo canke mu gishingo cayo.

فَقَدْ كَذَّبُواْ بِٱلْحَقِّ لَمَّا جَآءَهُمْ فَسَوْفَ يَأْتِيهِمْ أَنۢبَٰٓؤُاْ مَا كَانُواْ بِهِۦ يَسْتَهْزِءُونَ ۝٥

5. Barahakanye bivuye inyuma ukuri igihe bagushikirizwa n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), baranatebuye kw'irarikiramana ryayo. Kubera ivyo rero, bitebe bitebuke, bazokwibonerako inkurikizi y'ivyo bateburako.

أَلَمْ يَرَوْاْ كَمْ أَهْلَكْنَا مِن قَبْلِهِم مِّن قَرْنٍ مَّكَّنَّٰهُمْ فِى ٱلْأَرْضِ مَا لَمْ نُمَكِّن لَّكُمْ وَأَرْسَلْنَا ٱلسَّمَآءَ عَلَيْهِم مِّدْرَارًا وَجَعَلْنَا ٱلْأَنْهَٰرَ تَجْرِى مِن تَحْتِهِمْ فَأَهْلَكْنَٰهُم بِذُنُوبِهِمْ وَأَنشَأْنَا مِنۢ بَعْدِهِمْ قَرْنًا ءَاخَرِينَ ۝٦

6. Mbega ntibamenye inkuru y'imigwi y'abo Twahoneje aho hambere yabo! Twabahaye gutsimbatara no kuramba kw'isi ku buryo mwebwe Tutabahaye gutsimbatara nkabo, Twaranabahaye inema y'imvura yamaho n'inzuzi zitemba musi y'imihana yabo, kugira Tubatenyenyere gato. Bahavuye rero bagarariza inema zacu, baranahakana bivuye inyuma Intumwa zacu, Duca Tubahanira ivyaha vyabo Turabahonya. Mu nyuma y'abo rero, Twahavuye Turungika kw'isi iyindi migwi y'abantu.

وَلَوْ نَزَّلْنَا عَلَيْكَ كِتَٰبًا فِى قِرْطَاسٍ فَلَمَسُوهُ بِأَيْدِيهِمْ لَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓاْ إِنْ هَٰذَآ إِلَّا سِحْرٌ مُّبِينٌ ۝٧

7. Ntumwa y'Imana! N'iyo Tukumanurira Igitabu kiri hamwe kivuye mw'ijuru, canditswe ku mpapuro bakagikorako n'iminwe yabo, abagararije bari kuvuga bati: "Iki si ikindi kiretse ko ari uburozi bweruye".

وَقَالُواْ لَوْلَآ أُنزِلَ عَلَيْهِ مَلَكٌ ۖ وَلَوْ أَنزَلْنَا مَلَكًا لَّقُضِىَ ٱلْأَمْرُ ثُمَّ لَا يُنظَرُونَ ۝٨

8. Bari no kuvuga bati: "Ubwo Imana ntiyari gupfuma Imumanurira umumalayika avuye mw'ijuru kugira yemeze ko ari Intumwa vy'ukuri, tugaheza tukamwemera!". Iyo rero Tumanura umumalayika avuye mw'ijuru nk'uko babisavye hanyuma bakagarariza, hari gufatwa ingingo yo kubahonya, ntibari no guhabwa n'akanya na gato ko kwigaya, kuko Imana Allah Irazi mu vyagezwe ko batari kwemera kubera ubugaba bwabo.

وَلَوْ جَعَلْنَٰهُ مَلَكًا لَّجَعَلْنَٰهُ رَجُلًا وَلَلَبَسْنَا عَلَيْهِم مَّا يَلْبِسُونَ ۝٩

9. N'iyo Tuja kubarungikira Intumwa y'umumalayika kuko bagararije ukwemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ni ukuri Twari kurungika nya mumalayika mw'ishusho ry'umuntu kugira bashobore kumwumva no kumutahura, kandi naho nyene bari kugira amakenga ku kumwemera nk'uko bayagize ku kwemera Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

وَلَقَدِ ٱسْتُهْزِئَ بِرُسُلٍ مِّن قَبْلِكَ فَحَاقَ بِٱلَّذِينَ سَخِرُواْ مِنْهُم مَّا كَانُواْ بِهِۦ يَسْتَهْزِءُونَ ۝١٠

10. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, aho hambere yawe harabaye itebura ku Ntumwa z'Imana (za nyakugira amahoro y'Imana Allah), gushika n'aho abatebura bashikirwa n'ibihano ku vyo bahora bateburako[1].

قُلْ سِيرُواْ فِى ٱلْأَرْضِ ثُمَّ ٱنظُرُواْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلْمُكَذِّبِينَ ۝١١

11. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Nimugendagende irya n'ino kw'isi, hanyuma mwirabire iherezo ry'abahakanyi

[1] Abagarariji b'i Makka basavye mu gutebura ko borungikirwa umumalayika kugira bashobore kwemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Imana Allah Ica Iramenyesha Intumwa ko atari bwo bwa mbere abagarariji batebura nk'ukwo.

uko ryagenze, muheze mwiyubare ko mwoshikirwa n'ivyabashikiye".

قُل لِّمَن مَّا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ قُل لِّلَّهِۚ كَتَبَ عَلَىٰ نَفۡسِهِ ٱلرَّحۡمَةَۚ لَيَجۡمَعَنَّكُمۡ إِلَىٰ يَوۡمِ ٱلۡقِيَٰمَةِ لَا رَيۡبَ فِيهِۚ ٱلَّذِينَ خَسِرُوٓاْ أَنفُسَهُمۡ فَهُمۡ لَا يُؤۡمِنُونَ ١٢

12. Ntumwa y'Imana! Baza ababangikanyamana uti: "Mbega ibiri mu majuru no mw'isi, ni nde Mugabe wavyo?". Babwire uti: "Vyose nk'uko mubizi mukanavyemanga, ni ivy'Imana Allah, ni Yo Mugabe wavyo. Nimuyiyegereze rero mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya". Imana Allah Yaramaze kwiyemeza kugira impuhwe, ntiyihutira guhana ibiremwa. Ni ukuri rero, Izobegeraniriza hamwe ku musi w'izuka ata makenga ko utegerezwa gushika, kugira Ihembe umwe wese ku co yakoze. Ababangikanyamana rero, ni bo bazotahira agahombo kuko batemera Imana Allah, batanemera n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

وَلَهُۥ مَا سَكَنَ فِي ٱلَّيۡلِ وَٱلنَّهَارِۚ وَهُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلۡعَلِيمُ ١٣

13. Imana Allah, ni Yo Mugabe w'ibiri mu majuru no mw'isi, ibitururuye mw'ijoro n'ibigendagenda ku murango, ibihishije n'ibiboneka, vyose ni ibiremwa vyayo. Ni na Yo rero Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'ibiremwa; Nyenubumenyikurivyose, Irazi ivyo bikora n'ivyo bihishije mu mutima.

قُلۡ أَغَيۡرَ ٱللَّهِ أَتَّخِذُ وَلِيّٗا فَاطِرِ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَهُوَ يُطۡعِمُ وَلَا يُطۡعَمُۗ قُلۡ إِنِّيٓ أُمِرۡتُ أَنۡ أَكُونَ أَوَّلَ مَنۡ أَسۡلَمَۖ وَلَا تَكُونَنَّ مِنَ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ١٤

14. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Mbega yemwe! Bishoboka gute ko nogira ikitari Imana Allah umuhagarikizi n'umutabazi wanje, kandi ari Yo Rutanguzandemo Yaremye amajuru n'isi n'ibiri muri vyo, Ikaba ari na Yo Ibeshejeho ibiremwa vyayo, Itanakeneye ivyo biyikeneyeko mu kubaho kwavyo!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Jewe mu vy'ukuri, nategetswe ko noba uwa mbere mu bo narungitsweko yicisha bugufi mu kwiyegereza Imana Allah mu vyo nkora vyose". Ntumwa y'Imana! Ntukabe rero mu babangikanyamana.

قُلۡ إِنِّيٓ أَخَافُ إِنۡ عَصَيۡتُ رَبِّي عَذَابَ يَوۡمٍ عَظِيمٖ ١٥

15. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Jewe mu vy'ukuri, mu gihe nogabitanya ku Mana yanje Rurema Allah mu kuyibangikanya, ndatinya ko Yompana ku musi uhambaye w'izuka;

مَّن يُصۡرَفۡ عَنۡهُ يَوۡمَئِذٖ فَقَدۡ رَحِمَهُۥۚ وَذَٰلِكَ ٱلۡفَوۡزُ ٱلۡمُبِينُ ١٦

16. Kuri uwo musi, uwo Imana Allah Izokingira ibihano, ni ukuri Izoba Yamaze kumugirira impuhwe, kandi rero iyo ni yo ntsinzi ihambaye".

وَإِن يَمۡسَسۡكَ ٱللَّهُ بِضُرّٖ فَلَا كَاشِفَ لَهُۥٓ إِلَّا هُوَۖ وَإِن يَمۡسَسۡكَ بِخَيۡرٖ فَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٞ ١٧

17. Muntu! Igihe Imana Allah Yogutera amagorwa y'ubukene canke y'indwara, nta n'umwe yoyagukuramwo kiretse Yo; no mu gihe Yogutera iteka ry'ubutunzi canke ryo kuroranirwa n'amagara, nta n'umwe mu biremwa yokwambura nya teka. Burya rero Imana Allah ni Yo Mushoboravyose;

18. Ni na Yo Nyeninkomezi, Iganza ibiremwa vyose, ni na Yo Ntungane rero mu vyo Ikora, Muhetuziwavyose.

وَهُوَ ٱلْقَاهِرُ فَوْقَ عِبَادِهِۦۚ وَهُوَ ٱلْحَكِيمُ ٱلْخَبِيرُ ﴿١٨﴾

19. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Ni igiki coba icabona gihambaye cemeza ko ndi Intumwa y'Imana vy'ukuri!". Nibatakwishura, uraca ubabwira uti: "Imana Allah ni co Cabona hagati yanje na mwe Cemeza ko ndi Intumwa, Kikanamenya neza n'ivyo muvuga. Yaranampishuriye Qor'ani kugira ndabagabishe ntimuzohanwe, nongere ngabishe n'imigwi y'abantu izoshikirwa na Qor'ani uko izogenda ikurakuranwa kw'isi. Mbega mwokwemanga mu vy'ukuri ko hariho izindi mana zibangikanije n'Imana Allah!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Jewe singiye kuba icabona ku vyo mwemanze". Babwire uti: "Ni ukuri Allah ni Imana Imwe Rudende. Kandi jewe mu vy'ukuri, nditandukanije n'ivyo muyibangikanya vyose".

قُلْ أَىُّ شَىْءٍ أَكْبَرُ شَهَٰدَةً ۖ قُلِ ٱللَّهُ ۖ شَهِيدٌۢ بَيْنِى وَبَيْنَكُمْ ۚ وَأُوحِىَ إِلَىَّ هَٰذَا ٱلْقُرْءَانُ لِأُنذِرَكُم بِهِۦ وَمَنۢ بَلَغَ ۚ أَئِنَّكُمْ لَتَشْهَدُونَ أَنَّ مَعَ ٱللَّهِ ءَالِهَةً أُخْرَىٰ ۚ قُل لَّآ أَشْهَدُ ۚ قُلْ إِنَّمَا هُوَ إِلَٰهٌ وَٰحِدٌ وَإِنَّنِى بَرِىٓءٌ مِّمَّا تُشْرِكُونَ ﴿١٩﴾

20. Abo Twahaye Igitabu (mu bayahudi n'abanaswara), barazi neza na neza ibiranga Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), vyotuma batamwihendako mu vyanditswe mu Bitabu vyabo; nka kurya bazi neza na neza ata kwitiranya abana babo; abatwawe n'ivyipfuzo vyabo muri bo, ni bo bazotahira agahombo gatewe no kutemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) n'ivyo yigishije.

ٱلَّذِينَ ءَاتَيْنَٰهُمُ ٱلْكِتَٰبَ يَعْرِفُونَهُۥ كَمَا يَعْرِفُونَ أَبْنَآءَهُمُ ۘ ٱلَّذِينَ خَسِرُوٓا۟ أَنفُسَهُمْ فَهُمْ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿٢٠﴾

21. Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah ko Ifise ababangikanywa na Yo mu gusengwa, canke ko Ifise umwana canke umugore, canke agahakana yivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyayo vyerekana ukuri kw'Intumwa zayo! Mu vy'ukuri, abirenganya mu kubeshera Imana Allah, ntibazokwigera baronka intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa,

وَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّنِ ٱفْتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا أَوْ كَذَّبَ بِـَٔايَٰتِهِۦٓ ۚ إِنَّهُۥ لَا يُفْلِحُ ٱلظَّٰلِمُونَ ﴿٢١﴾

22. Nibiyubare rero umusi Twabegeranirije hamwe, hanyuma Tukabaza ababangikanyamana Duti: "Biri hehe ibigirwamana vyanyu mwahora mwibwira ko bibangikanije n'Imana Allah, ngo biheze bibavugire!";

وَيَوْمَ نَحْشُرُهُمْ جَمِيعًا ثُمَّ نَقُولُ لِلَّذِينَ أَشْرَكُوٓا۟ أَيْنَ شُرَكَآؤُكُمُ ٱلَّذِينَ كُنتُمْ تَزْعُمُونَ ﴿٢٢﴾

23. Inyuma y'aho rero, nta n'inyishu bazoronka kuri iryo geragezwa ryo kubazwa, kiretse ko bazorahira bakarengwa bavuga bati: "Turarahiye kw'Izina ry'Imana yacu Rurema Allah! Ntitwigeze tubangikanya Imana Allah!".

ثُمَّ لَمْ تَكُن فِتْنَتُهُمْ إِلَّآ أَن قَالُوا۟ وَٱللَّهِ رَبِّنَا مَا كُنَّا مُشْرِكِينَ ﴿٢٣﴾

24. Ntumwa y’Imana! Ehe raba ukuntu bihenda, bakazokwihakana ibangikanyamana ku musi w’izuka, eka n’ivugirwa baziga ku bigirwamana vyabo nta ryo bazokwigera baronka.

ٱنظُرْ كَيْفَ كَذَبُواْ عَلَىٰٓ أَنفُسِهِمْۚ وَضَلَّ عَنْهُم مَّا كَانُواْ يَفْتَرُونَ ﴿٢٤﴾

25. Mu babangikanyamana, harimwo abakwumviriza usoma Qor’ani ariko ntibanyurwe. Biturutse ku gutwarwa n’ivyipfuzo vyabo rero, Twarasibanganije imitima yabo, icika agatimatare, ntibaheza ngo banyurwe na Qor’ani; Twaranabazivye n'amatwi yabo ntibumva ukuri kuri muri yo ngo bagukurikire. N’iyo babonye ivyemezo vyerekana ko Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) ari Intumwa y’ukuri, ntibavyemera; bamara kuza kuguhaririza ku vyo batumva, abagararije nya vyemezo bakabwirana hagati yabo bati: “Ivyo twumva, si ibindi kiretse ko ari imigani n’ibitito vy’ab’aho hambere ata kuri kurimwo”,

وَمِنْهُم مَّن يَسْتَمِعُ إِلَيْكَۖ وَجَعَلْنَا عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ أَكِنَّةً أَن يَفْقَهُوهُ وَفِيٓ ءَاذَانِهِمْ وَقْرًاۚ وَإِن يَرَوْاْ كُلَّ ءَايَةٍ لَّا يُؤْمِنُواْ بِهَاۖ حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءُوكَ يُجَٰدِلُونَكَ يَقُولُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓاْ إِنْ هَٰذَآ إِلَّآ أَسَٰطِيرُ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿٢٥﴾

26. Baranaburagiza abantu kwumviriza no gukurikira Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), kandi na bo nyene bakigira kure yayo. Nta n’uwo rero bazohonya kiretse ukwihonya bo bonyene ata vyo bazi.

وَهُمْ يَنْهَوْنَ عَنْهُ وَيَنْـَٔوْنَ عَنْهُۖ وَإِن يُهْلِكُونَ إِلَّآ أَنفُسَهُمْ وَمَا يَشْعُرُونَ ﴿٢٦﴾

27. Ntumwa y’Imana! Iyo uba wobona ukuntu ababangikanyamana bazoba bamerewe ku musi w’izuka, wobonye igitangaza giteye ubwoba, igihe bakwegewe hambavu y’umuriro bakawubona imbona nkubone, hanyuma bakavuga bicuza n’akantu bati: “Amagorwa arama! Ese Twopfuma dusubizwa mu buzima bwo kw’isi, tukisubirako ntiduhakane Aayah n’ivyemezo vy’Imana yacu Rurema Allah, tugaheza tukaba mu bemeramana!”.

وَلَوْ تَرَىٰٓ إِذْ وُقِفُواْ عَلَى ٱلنَّارِ فَقَالُواْ يَٰلَيْتَنَا نُرَدُّ وَلَا نُكَذِّبَ بِـَٔايَٰتِ رَبِّنَا وَنَكُونَ مِنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٢٧﴾

28. Si nk’ukwo bicuza bavuga! Ahubwo ku musi w’izuka bazotomokerwa n’ukuri bahora banyegeza ku mutima bakiri kw’isi, ko Intumwa z’Imana zari iz’ukuri, n’aho batagaragariza nya kuri ababumvira bakabakurikira. Hamwe vyoshika bagasubizwa mu buzima bwo kw’isi bakabaho, ni ukuri bosubiye mu bugarariji no mu buhakanyi. Mu vy’ukuri, ukwicuza kwabo kuzoba ari uruhendo gusa.

بَلْ بَدَا لَهُم مَّا كَانُواْ يُخْفُونَ مِن قَبْلُۖ وَلَوْ رُدُّواْ لَعَادُواْ لِمَا نُهُواْ عَنْهُ وَإِنَّهُمْ لَكَٰذِبُونَ ﴿٢٨﴾

29. Bavuze bahakana bivuye inyuma izuka ry’ibiremwa bati: “Nta buzima bubaho kiretse ubuzima tubayemwo kw’isi! Kira noneho, ntituzonazuka nitwamara gupfa”.

وَقَالُوٓاْ إِنْ هِيَ إِلَّا حَيَاتُنَا ٱلدُّنْيَا وَمَا نَحْنُ بِمَبْعُوثِينَ ﴿٢٩﴾

30. Ntumwa y’Imana! Iyo uba wobona ukuntu abahakana umuhero w’isi n’izuka ry’ibiremwa bazoba bamerewe, igihe bahagaritswe ku musi w’izuka imbere y’Imana yabo Rurema Allah, wobonye igitangaza giteye ubwoba, igihe Imana Allah Yababajije Iti: “Iri zuka mwahora muhakana,

وَلَوْ تَرَىٰٓ إِذْ وُقِفُواْ عَلَىٰ رَبِّهِمْۚ قَالَ أَلَيْسَ هَٰذَا بِٱلْحَقِّۚ قَالُواْ بَلَىٰ وَرَبِّنَاۚ قَالَ فَذُوقُواْ ٱلْعَذَابَ بِمَا كُنتُمْ تَكْفُرُونَ ﴿٣٠﴾

si iry'ukuri!". Bazokwishura bateterewe bati: "Ego cane! Ni iry'ukuri Mana yacu Rurema!". Imana Allah Izobabwira Iti: "Nimuhonje rero ibihano bitewe n'ivyo mwahora mugarariza kw'isi".

قَدْ خَسِرَ ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِلِقَآءِ ٱللَّهِ ۗ حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءَتْهُمُ ٱلسَّاعَةُ بَغْتَةً قَالُواْ يَٰحَسْرَتَنَا عَلَىٰ مَا فَرَّطْنَا فِيهَا وَهُمْ يَحْمِلُونَ أَوْزَارَهُمْ عَلَىٰ ظُهُورِهِمْ ۚ أَلَا سَآءَ مَا يَزِرُونَ ﴿٣١﴾

31. Ni ukuri, abahakanye bivuye inyuma ko bazohura n'Imana Allah igihe bazutse, baraguye mu gahombo mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Igihe rero bashikiwe giturumbuka n'umuhero w'isi, bazokwicuza bavuga bati: "Ese agahombo tubonye ku vyo twirengagije gukora tukiri kw'isi!". Bazoheza rero biremeke ku mugongo umutwaro w'ibicumuro vyabo. Emwee! Umutwaro bazokwiremeka, uzoba uremereye kubi.

وَمَا ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَآ إِلَّا لَعِبٌ وَلَهْوٌ ۖ وَلَلدَّارُ ٱلْءَاخِرَةُ خَيْرٌ لِّلَّذِينَ يَتَّقُونَ ۗ أَفَلَا تَعْقِلُونَ ﴿٣٢﴾

32. Ubuzima bwo kw'isi kenshi na kenshi si ikindi kiretse ko ari ubufyinyi n'ubusamazi biterwa n'ibihendamaso vyayo. Ugukora ivyiza bitegetswe vyungura umuntu mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni vyo vyiza cane ku batinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Mbega bantu muhendwa n'ivy'isi! Ntimwogarura ubwenge ngo mutahure ko indishi iri ku Mana Allah ibarutira amaronko y'isi!

قَدْ نَعْلَمُ إِنَّهُۥ لَيَحْزُنُكَ ٱلَّذِى يَقُولُونَ فَإِنَّهُمْ لَا يُكَذِّبُونَكَ وَلَٰكِنَّ ٱلظَّٰلِمِينَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ يَجْحَدُونَ ﴿٣٣﴾

33. Ntumwa y'Imana! Burya Twebwe Allah Turazi neza ko wishwe n'intuntu itewe n'igarariza rigirwa n'abantu warungitsweko. Mu vy'ukuri, si wewe bagarariza kuko mu mitima yabo barazi ko uri Intumwa y'ukuri, ariko rero ku kubera akarenganyo n'urwanko, bagarariza Aayah n'ivyemezo bigaragara vyerekana ko uri Intumwa y'ukuri.

وَلَقَدْ كُذِّبَتْ رُسُلٌ مِّن قَبْلِكَ فَصَبَرُواْ عَلَىٰ مَا كُذِّبُواْ وَأُوذُواْ حَتَّىٰٓ أَتَىٰهُمْ نَصْرُنَا ۚ وَلَا مُبَدِّلَ لِكَلِمَٰتِ ٱللَّهِ ۚ وَلَقَدْ جَآءَكَ مِن نَّبَإِى ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿٣٤﴾

34. Ntumwa y'Imana! Humura si wewe ubaye uwa mbere ugararijwe. Ni ukuri, Intumwa z'Imana zaragararijwe aho hambere yawe ziranabangamirwa, maze zirihanganira igarariza n'ibangamirwa zagiriwe, ziraheza zirashishikara ishikirizabutumwa gushika aho zigera ku ntsinzi yacu Twebwe Allah. Nta wushobora guhindura amajambo y'Imana Allah Yahishuriye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'Impuhwe z'Imana Allah), Iyisezeranira gutsinda abayirwanya. Ntumwa y'Imana! Waramaze gushikirwa n'inkuru y'intsinzi y'Intumwa zarungitswe hambere yawe[1].

وَإِن كَانَ كَبُرَ عَلَيْكَ إِعْرَاضُهُمْ فَإِنِ ٱسْتَطَعْتَ أَن تَبْتَغِىَ نَفَقًا فِى ٱلْأَرْضِ أَوْ سُلَّمًا فِى ٱلسَّمَآءِ فَتَأْتِيَهُم بِـَٔايَةٍ ۚ وَلَوْ شَآءَ

35. Ntumwa y'Imana! Niwaremerwa n'igarariza ryabo ryo kutakwumvira, uraheza wihangane. Usangwa ushobora guca inzira ica mu kuzimu, canke ukurira ingazi igushikana mw'ijuru, maze ukabazanira icemezo cerekana ukuri ku vyo ushikiriza, kitari mu vyo Twaguhishuriye, urakizana. Iyo rero Imana Allah Ishaka, Yari kubashoboza bose kuba

[1] Iyi Aayah irahoza igaha n'umwizero w'intsinzi Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'Impuhwe z'Imana Allah).

abagororotsi, ariko rero ntiyabigize ukwo ku mvo zizwi gusa na Yo. Kubera ivyo rero, ntukabe mu bantu badatahura Imana Allah, bicwa n'intuntu bakihebura.

اللَّهُ لَجَمَعَهُمْ عَلَى الْهُدَىٰ ۚ فَلَا تَكُونَنَّ مِنَ الْجَاهِلِينَ ﴿٣٥﴾

36. Ni ukuri, abakwumvira bakagukurikira, ni abumviriza amajambo y'Imana Allah ku mvo zo kuyemera. Nayo abagarariji baharurwa mu bapfuye, kuko ubuzima nya bwo ni ubushingiye ku bwislamu butuma umuntu yicisha bugufi ku Mana Allah. Burya rero abapfuye, Imana Allah Izobazura hanyuma basubire kuri Yo ku musi w'izuka, kugira Ibaharurire Inabahembere ivyo bakoze.

إِنَّمَا يَسْتَجِيبُ الَّذِينَ يَسْمَعُونَ ۘ وَالْمَوْتَىٰ يَبْعَثُهُمُ اللَّهُ ثُمَّ إِلَيْهِ يُرْجَعُونَ ﴿٣٦﴾

37. Ababangikanyamana bavuze ku kagagazo bati: "Muhamadi ntiyari gupfuma amanurirwa n'Imana yiwe Rurema Allah igitangaro gifadika cemeza ukuri kwiwe; nk'inkoni yahawe Musa, canke ingamiya yururukirijwe Swalehe!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Irashoboye kubamanunira icemezo gifadika, ariko rero abenshi muri bo, ntibazi ko imanurwa ry'ivyemezo bifadika riba ku mvo zigenwa gusa n'Imana Allah".

وَقَالُوا لَوْلَا نُزِّلَ عَلَيْهِ آيَةٌ مِّن رَّبِّهِ ۚ قُلْ إِنَّ اللَّهَ قَادِرٌ عَلَىٰ أَن يُنَزِّلَ آيَةً وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٣٧﴾

38. Nta kiremwa na kimwe kigendagenda mw'isi, eka nta n'ikiguruka n'amababa mu kirere, kiretse ko vyose vyaremwe mu migwi hari ico bihuriyeko mu ndemo nkamwe. Burya nta na kimwe Twaretse ngo Twirengagize kucandika ku Rubaho rubungabunzwe "Lawhu Mahfuudhw". Hanyuma ibiremwa vyose ku musi w'izuka, bizokwegeranirizwa hamwe ku Mana yavyo Rurema Allah, kugira Ihembe kimwe cose ku co cakoze.

وَمَا مِن دَابَّةٍ فِي الْأَرْضِ وَلَا طَائِرٍ يَطِيرُ بِجَنَاحَيْهِ إِلَّا أُمَمٌ أَمْثَالُكُم ۚ مَّا فَرَّطْنَا فِي الْكِتَابِ مِن شَيْءٍ ۚ ثُمَّ إِلَىٰ رَبِّهِمْ يُحْشَرُونَ ﴿٣٨﴾

39. Abagararije mu guhakana bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyacu Twebwe Allah, ni ba nyamuragi; ntibumva icobagirira akamaro, ntibavuga ukuri, bari mu muzimagiza w'ubuhuvyi, ntibanashoboye guhitamwo inzira y'ubugororotsi. Uwo Imana Allah Ishatse guhuvya ku butumva bwiwe, Iramuhuvya; n'uwo Ishatse kurongora ku bugamburutsi bwiwe, Imushira mu nzira igororotse.

وَالَّذِينَ كَذَّبُوا بِآيَاتِنَا صُمٌّ وَبُكْمٌ فِي الظُّلُمَاتِ ۗ مَن يَشَإِ اللَّهُ يُضْلِلْهُ وَمَن يَشَأْ يَجْعَلْهُ عَلَىٰ صِرَاطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٣٩﴾

40. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Nimumbwire igihe mwoshikirwa n'ibihano vy'Imana Allah mukiri kw'isi, canke mu gihe mwoshikirwa n'umusi w'izuka, aho nyene mwombwira ko mwosaba ikitari Imana Allah, kugira kibakize intureka zabashikiye nimwaba muri imvugakuri ko ibigirwamana musenga hari ico bishoboye!";

قُلْ أَرَأَيْتَكُمْ إِنْ أَتَاكُمْ عَذَابُ اللَّهِ أَوْ أَتَتْكُمُ السَّاعَةُ أَغَيْرَ اللَّهِ تَدْعُونَ إِن كُنتُمْ صَادِقِينَ ﴿٤٠﴾

41. Ahubwo nyabuna muri ico gihe, mwosaba gusa Imana Allah muyambaza ko Ibakiza intureka zabashikiye, mu gihe Yobishaka kuko ari Yo Mushoboravyose, mugashoka mwibagira ivyo muyibangikanya ko vyigeze kubaho!

بَلْ إِيَّاهُ تَدْعُونَ فَيَكْشِفُ مَا تَدْعُونَ إِلَيْهِ إِن شَاءَ وَتَنسَوْنَ مَا تُشْرِكُونَ ﴿٤١﴾

42. Ni ukuri, Twebwe Allah Twararungikiye imigwi y'abantu b'aho hambere yawe, Intumwa ziyirarikira kwumvira Imana Allah, maze irazihakana yivuye inyuma, Duca Turayigerageza mu kuyitera ubukene n'ivyago hamwe n'indwara n'amaganya, kugira itakambe yicishe bugufi ku Mana Allah.

وَلَقَدۡ أَرۡسَلۡنَآ إِلَىٰٓ أُمَمٖ مِّن قَبۡلِكَ فَأَخَذۡنَٰهُم بِٱلۡبَأۡسَآءِ وَٱلضَّرَّآءِ لَعَلَّهُمۡ يَتَضَرَّعُونَ ٤٢

43. Iyo migwi y'abantu ico gihe ishikirwa n'igeragezwa ryacu, ese iyo ipfuma itakamba ikicisha bugufi ku Mana Allah! Ariko ntiyigeze ibikora, imitima yayo yarakomantaye icika nk'ibuye ry'urutare ntiyumva, shetani na yo iraheza iyiryohereza ivyaha n'ibangikanyamana yahora igira.

فَلَوۡلَآ إِذۡ جَآءَهُم بَأۡسُنَا تَضَرَّعُواْ وَلَٰكِن قَسَتۡ قُلُوبُهُمۡ وَزَيَّنَ لَهُمُ ٱلشَّيۡطَٰنُ مَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ٤٣

44. Igihe rero iyo migwi y'abantu irekeye kwicisha bugufi, ikirengagiza no kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah, Twarayugururiye imiryango yose y'ibiyibeshaho kugira irendegere mu bwononyi, iraheza ibaho yorohewe, iranagira amagara meza ahimbaye gushika aho yishimira ivyo Twayironkeje, Duca Turayihana giturumbuka, iricuza, irihebura.

فَلَمَّا نَسُواْ مَا ذُكِّرُواْ بِهِۦ فَتَحۡنَا عَلَيۡهِمۡ أَبۡوَٰبَ كُلِّ شَيۡءٍ حَتَّىٰٓ إِذَا فَرِحُواْ بِمَآ أُوتُوٓاْ أَخَذۡنَٰهُم بَغۡتَةٗ فَإِذَا هُم مُّبۡلِسُونَ ٤٤

45. Ni ho rero Imana Allah Yahonya abantu birenganya mu kugarariza Imana Allah n'Intumwa zayo. Nihashimagizwe rero Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose, Itabara abatoni bayo, Igahonya abansi bayo.

فَقُطِعَ دَابِرُ ٱلۡقَوۡمِ ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْۚ وَٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٤٥

46. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Nimumbwire mu gihe Imana Allah Yobaka ubushobozi bwo kwumva mukaba ba nyamuragi; Ikabaka n'ubushobozi bwo kubona mukaba impumyi; Ikanatera ikimangu ku mitima yanyu mukaba intumva, ni iyihe mana yindi atari Imana Allah yoshobora kubasubiza ivyo Yabatse!". Ntumwa y'Imana! Ehe raba na we ukuntu Tubereka ivyemezo vy'ubwoko bwose, hanyuma bakabandanya birengagiza, ntibibuke ngo bikebuke!

قُلۡ أَرَءَيۡتُمۡ إِنۡ أَخَذَ ٱللَّهُ سَمۡعَكُمۡ وَأَبۡصَٰرَكُمۡ وَخَتَمَ عَلَىٰ قُلُوبِكُم مَّنۡ إِلَٰهٌ غَيۡرُ ٱللَّهِ يَأۡتِيكُم بِهِۦۗ ٱنظُرۡ كَيۡفَ نُصَرِّفُ ٱلۡأٓيَٰتِ ثُمَّ هُمۡ يَصۡدِفُونَ ٤٦

47. Ntumwa y'Imana! Babwire kandi uti: "Nimumbwire mu gihe mwoshikirwa giturumbuka n'ibihano vy'Imana Allah; canke bikabashikira imbona nkubone, hari abohona atari abantu birenganya mu guhakana Intumwa no mu kubangikanya Imana Allah!".

قُلۡ أَرَءَيۡتَكُمۡ إِنۡ أَتَىٰكُمۡ عَذَابُ ٱللَّهِ بَغۡتَةً أَوۡ جَهۡرَةً هَلۡ يُهۡلَكُ إِلَّا ٱلۡقَوۡمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ٤٧

48. Burya Twebwe Allah, ntiturungika Intumwa zacu kiretse ko ziheza zigashikiriza abatwumvira inkuru nziza ibahumuriza ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru, zikanagabisha abagabitanya ku bihano vyo mu muriro. Uwuramutse rero yemeye izo Ntumwa akanatunganya ibikorwa vyiza bitegetswe, aramenya ko ari mu bantu batazogira ubwoba bwo guhanwa ku musi w'izuka, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu y'ivyo basize kw'isi.

وَمَا نُرۡسِلُ ٱلۡمُرۡسَلِينَ إِلَّا مُبَشِّرِينَ وَمُنذِرِينَۖ فَمَنۡ ءَامَنَ وَأَصۡلَحَ فَلَا خَوۡفٌ عَلَيۡهِمۡ وَلَا هُمۡ يَحۡزَنُونَ ٤٨

49. Abahakanye bivuye inyuma Aayah za Qor'ani n'ibindi vyemezo vyacu, bazokorwako n'ibihano ku musi w'izuka, bitewe n'uko bahora baca kubiri n'idini kw'isi.

وَٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا يَمَسُّهُمُ ٱلۡعَذَابُ بِمَا كَانُواْ يَفۡسُقُونَ ٤٩

50. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Jewe sindigera ndababwira ko ngaba ibigega vy'Imana Allah nkabeshaho ibiremwa, eka sindigera nigira rumenyi rw'ibinyegejwe ibiremwa, eka sindanababwira ko ndi umwami, jewe ndi Intumwa y'Imana, nkurikira ivyo mpishuriwe, ngaheza nkabishikiriza abantu". Babwire kandi uti: "Mbega umugarariji yigenza nk'impumyi[1] atigera abona ivyemezo vy'Imana Allah ngo avyemere, ni nk'umwemeramana abona ivyemezo vy'Imana akavyemera! Mbega ntimwiyumvira ngo mubone ukuri, muheze mukwemere!".

قُل لَّآ أَقُولُ لَكُمۡ عِندِي خَزَآئِنُ ٱللَّهِ وَلَآ أَعۡلَمُ ٱلۡغَيۡبَ وَلَآ أَقُولُ لَكُمۡ إِنِّي مَلَكٌۖ إِنۡ أَتَّبِعُ إِلَّا مَا يُوحَىٰٓ إِلَيَّۚ قُلۡ هَلۡ يَسۡتَوِي ٱلۡأَعۡمَىٰ وَٱلۡبَصِيرُۚ أَفَلَا تَتَفَكَّرُونَ ٥٠

51. Ntumwa y'Imana! Koresha Qor'ani mu kugabisha abatinya ko bazozuka bakegeranirizwa ku Mana yabo Rurema Allah, bazi neza ko ata mutabazi bazoronka abatabara mu bihano, kiretse Imana Allah, kandi ata n'uwubavugira ku Mana Allah bazoronka ngo ntibahanwe. Bagabishe rero kugira batinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo.

وَأَنذِرۡ بِهِ ٱلَّذِينَ يَخَافُونَ أَن يُحۡشَرُوٓاْ إِلَىٰ رَبِّهِمۡ لَيۡسَ لَهُم مِّن دُونِهِۦ وَلِيّٞ وَلَا شَفِيعٞ لَّعَلَّهُمۡ يَتَّقُونَ ٥١

52. Muvugishwamana! Ntukirukane mu vyicaro vyawe ba ntahonikora na ba nyarucari mu bislamu, biyegereza Imana yabo Rurema Allah mu vyo bakora vyose bakanayisenga igitondo n'umugoroba bashaka kuyishimisha; nta na kimwe ubazwa ku ndishi y'ivyo bakora, eka na bo nyene nta na kimwe bagusaba. Uramutse rero ubirukanye, woba uri mu barenganya mu kutamenya icubahiro n'agateka k'umwe wese.

وَلَا تَطۡرُدِ ٱلَّذِينَ يَدۡعُونَ رَبَّهُم بِٱلۡغَدَوٰةِ وَٱلۡعَشِيِّ يُرِيدُونَ وَجۡهَهُۥۖ مَا عَلَيۡكَ مِنۡ حِسَابِهِم مِّن شَيۡءٖ وَمَا مِنۡ حِسَابِكَ عَلَيۡهِم مِّن شَيۡءٖ فَتَطۡرُدَهُمۡ فَتَكُونَ مِنَ ٱلظَّٰلِمِينَ ٥٢

53. Ni nk'ukwo nyene rero Imana Allah Yagerageje bamwe mu biremwa vyayo mu kutabaha ibibabeshaho n'inkomezi ku rugero rungana; uyu Yamuhaye gutunga, urya na we Imuha gukena; uriya Yamuhaye inkomezi n'imirya, uyu na we Imuha ingoga nke, Iraheza rero Irabagerageza mu gukenerana no mu gukenurana, kugira abatunzi mu bagarariji bavuge bitangaza bati: "Aba bakene na ba nyarucari, ni bo Imana Allah Yarongoye bakaba abislamu, ha kuba ari twebwe!". Mbega burya Imana Allah ntizi bikwiye abayishimira Ikabashoboza kuba abagororotsi!

وَكَذَٰلِكَ فَتَنَّا بَعۡضَهُم بِبَعۡضٖ لِّيَقُولُوٓاْ أَهَٰٓؤُلَآءِ مَنَّ ٱللَّهُ عَلَيۡهِم مِّنۢ بَيۡنِنَآۗ أَلَيۡسَ ٱللَّهُ بِأَعۡلَمَ بِٱلشَّٰكِرِينَ ٥٣

54. Muvugishwamana! Abemera Aayah za Qor'ani n'ibindi vyemezo vyacu vyerekana ko uri Intumwa vy'ukuri, nibaza bakugana babaza ku vyerekeye ukwigaya ivyaha bigeze gukora, urabatera intege ubahumuriza uti: "Murakagira

وَإِذَا جَآءَكَ ٱلَّذِينَ يُؤۡمِنُونَ بِـَٔايَٰتِنَا فَقُلۡ سَلَٰمٌ عَلَيۡكُمۡۖ كَتَبَ رَبُّكُمۡ عَلَىٰ نَفۡسِهِ

[1] Iyi ni imvugo ngereranyo igereranya umugarariji mu kutabona ukuri, n'impumyi itabona; ikagereranya umwemeramana mu kubona ukuri n'uwubona.

ٱلرَّحۡمَةَ أَنَّهُۥ مَنۡ عَمِلَ مِنكُمۡ سُوٓءَۢا بِجَهَٰلَةٖ ثُمَّ تَابَ مِنۢ بَعۡدِهِۦ وَأَصۡلَحَ فَأَنَّهُۥ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٥٤

amahoro y'Imana Allah", unabashikiriza inkuru nziza uti: "Imana yanyu Rurema Allah Yaramaze kwiyemeza kugirira impuhwe ibiremwa vyayo, ko Izobabarira uwakoze icaha muri mwebwe ku kutamenya ingaruka mbi yaco hanyuma akigaya mu nyuma, akanashishikara atunganya ibikorwa vyiza bitegetswe. Ni Yo Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَكَذَٰلِكَ نُفَصِّلُ ٱلۡأٓيَٰتِ وَلِتَسۡتَبِينَ سَبِيلُ ٱلۡمُجۡرِمِينَ ٥٥

55. Ntumwa y'Imana! Ni nk'ukwo rero Twebwe Allah Dutomora ivyemezo vyacu vyerekana ukuri kugira ngo kumenyekane, no kugira kandi hamenyekane inzira y'inkozi z'ikibi zica kubiri n'Intumwa zacu.

قُلۡ إِنِّي نُهِيتُ أَنۡ أَعۡبُدَ ٱلَّذِينَ تَدۡعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِۚ قُل لَّآ أَتَّبِعُ أَهۡوَآءَكُمۡ قَدۡ ضَلَلۡتُ إِذٗا وَمَآ أَنَا۠ مِنَ ٱلۡمُهۡتَدِينَ ٥٦

56. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Jewe mu vy'ukuri, narabujijwe gusenga ibigirwamana musenga mu gishingo c'Imana Allah". Babwire kandi uti: "Jewe sinkurikira ivyipfuzo vyanyu. Hamwe nobikurikira rero, noba namaze guhuba inzira igororotse, sinoba ndi no mu bagororotsi".

قُلۡ إِنِّي عَلَىٰ بَيِّنَةٖ مِّن رَّبِّي وَكَذَّبۡتُم بِهِۦۚ مَا عِندِي مَا تَسۡتَعۡجِلُونَ بِهِۦٓۚ إِنِ ٱلۡحُكۡمُ إِلَّا لِلَّهِۖ يَقُصُّ ٱلۡحَقَّۖ وَهُوَ خَيۡرُ ٱلۡفَٰصِلِينَ ٥٧

57. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Jewe mu vy'ukuri, nshimikiye ku vyemezo bigaragara nahishuriwe n'Imana yanje Rurema Allah, ko ari Yo Ikwiye gusengwa ari Imwe Rudende, ari na vyo mwamaze guhakana. Ibihano mwihutira gusaba mu gutebura ko vyobashikira, nta bushobozi ndabifiseko. Ingingo y'irindirizwa ry'ivyo bihano, ntija mu ngiro kiretse ku bushobozi bw'Imana Allah, Iratomora ukuri bikwiye, ni na Yo Mwiza w'abatandukanya ukuri n'ikinyoma hisunzwe ingingo y'ivyo Yageze".

قُل لَّوۡ أَنَّ عِندِي مَا تَسۡتَعۡجِلُونَ بِهِۦ لَقُضِيَ ٱلۡأَمۡرُ بَيۡنِي وَبَيۡنَكُمۡۗ وَٱللَّهُ أَعۡلَمُ بِٱلظَّٰلِمِينَ ٥٨

58. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Iyo nza kuba mfise ubushobozi bwo kwihutisha ibihano musaba, nobahanye, maze rugacibwa hagati yanje na mwe. Burya Imana Allah Irazi cane abirenganya mu kurenga ku mabwirizwa yayo bakayibangikanya".

۞وَعِندَهُۥ مَفَاتِحُ ٱلۡغَيۡبِ لَا يَعۡلَمُهَآ إِلَّا هُوَۚ وَيَعۡلَمُ مَا فِي ٱلۡبَرِّ وَٱلۡبَحۡرِۚ وَمَا تَسۡقُطُ مِن وَرَقَةٍ إِلَّا يَعۡلَمُهَا وَلَا حَبَّةٖ فِي ظُلُمَٰتِ ٱلۡأَرۡضِ وَلَا رَطۡبٖ وَلَا يَابِسٍ إِلَّا فِي كِتَٰبٖ مُّبِينٖ ٥٩

59. Imana Allah, ni Yo Ifise impfunguruzo z'ibigega vy'ibinyegejwe ibiremwa, nta n'umwe azi ibirimwo kiretse Yo gusa, Iranazi ibibera imusozi n'ibibera mw'ibahari; nta n'ibabi rikoroka ku giti kiretse ko Irizi, eka nta n'urutete ruri mu kuzimu, eka nta n'icatsi kibisi canke cumye mu binyabuzima n'ibindi, kiretse ko vyose biri mu vyanditswe mu Gitabu gitomora vyose "Lawhu Mahfuudhw".

وَهُوَ ٱلَّذِي يَتَوَفَّىٰكُم بِٱلَّيۡلِ وَيَعۡلَمُ مَا جَرَحۡتُم بِٱلنَّهَارِ ثُمَّ يَبۡعَثُكُمۡ فِيهِ لِيُقۡضَىٰٓ

60. Ni na Yo Ibaka ubuzima mu gihe musinziriye mw'ijoro mukaba nk'abapfuye; Iranazi n'ivyo mukora n'iminwe yanyu ku murango, vyaba ivyiza canke ibibi, hanyuma Igaheza Ikabasubiza ubuzima mwikanguye nk'abazutse, kugira Ibakwirize ikiringo canyu co kubaho kw'isi,

hanyuma impera n'imperuka mukazosubira kuri Yo nimwazuka, kugira Ibabwire ivyo mwahora mukora, Inabibahembere.

أَجَلٌ مُّسَمًّى ثُمَّ إِلَيْهِ مَرْجِعُكُمْ ثُمَّ يُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٦٠﴾

61. Ni na Yo Nyeninkomezi Iganza ibiremwa vyayo vyose. Iranabarungikira abamalayika babungabunga ibikorwa vyanyu mu kuvyandika, maze hagera aho umwe muri mwebwe ashikirwa n'urupfu, intumwa zacu mu bamalayika bajejwe urupfu[1] zigaca zimwaka ubuzima agapfa, kandi ntizihenda na gato ku wo zirungitsweko;

وَهُوَ ٱلْقَاهِرُ فَوْقَ عِبَادِهِۦ ۚ وَيُرْسِلُ عَلَيْكُمْ حَفَظَةً حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءَ أَحَدَكُمُ ٱلْمَوْتُ تَوَفَّتْهُ رُسُلُنَا وَهُمْ لَا يُفَرِّطُونَ ﴿٦١﴾

62. Ni na ho rero abapfuye basubizwa ku Mana Allah Umuhagarikizi wabo w'ukuri. Bantu! Nimwumve mwumvireho Imana Allah, ni Yo Nyenugutunganiriza ibiremwa Ikazobicira imanza ku musi w'izuka, ni na Yo Inyarutsa mu kubiharurira kurusha abaharura bose.

ثُمَّ رُدُّوٓا۟ إِلَى ٱللَّهِ مَوْلَىٰهُمُ ٱلْحَقِّ ۚ أَلَا لَهُ ٱلْحُكْمُ وَهُوَ أَسْرَعُ ٱلْحَٰسِبِينَ ﴿٦٢﴾

63. Ntumwa y'Imana! Bwira abababangikanyamana ubabaze uti: "Ni nde yobakiza intureka z'ubwoba bw'umwijima w'imusozi n'uwo mw'ibahari! Si Imana Allah mwoca musaba mutakamba mu mpisho no ku mugaragaro, maze mukavuga muti: "Ni ukuri, Imana yacu Rurema Allah Yodukiza Ikadukura muri izi ntureka, ni ukuri twoshoka tuba mu bantu bayishimira bakayisenga batayibangikanya"".

قُلْ مَن يُنَجِّيكُم مِّن ظُلُمَٰتِ ٱلْبَرِّ وَٱلْبَحْرِ تَدْعُونَهُۥ تَضَرُّعًا وَخُفْيَةً لَّئِنْ أَنجَىٰنَا مِنْ هَٰذِهِۦ لَنَكُونَنَّ مِنَ ٱلشَّٰكِرِينَ ﴿٦٣﴾

64. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Ni Imana Allah Yonyene Yobakiza izo ntureka z'ubwoba n'ayandi magume ayo ari yo yose, hanyuma na mwe mugaca muyibangikanya".

قُلِ ٱللَّهُ يُنَجِّيكُم مِّنْهَا وَمِن كُلِّ كَرْبٍ ثُمَّ أَنتُمْ تُشْرِكُونَ ﴿٦٤﴾

65. Ntumwa y'Imana! Babwire ko ari Yo gusa Ishoboye kubarungikira ibihano biturutse hejuru yanyu[2], canke musi y'ibirenge vyanyu[3], canke Ikabatera kutumvikana mukicamwo imigwi mukamarana mu kwicana. Ntumwa y'Imana! Ehe raba na we ukuntu Tubereka ivyemezo vy'ubwoko bwose kugira batahure baheze bibuke!".

قُلْ هُوَ ٱلْقَادِرُ عَلَىٰٓ أَن يَبْعَثَ عَلَيْكُمْ عَذَابًا مِّن فَوْقِكُمْ أَوْ مِن تَحْتِ أَرْجُلِكُمْ أَوْ يَلْبِسَكُمْ شِيَعًا وَيُذِيقَ بَعْضَكُم بَأْسَ بَعْضٍ ۗ ٱنظُرْ كَيْفَ نُصَرِّفُ ٱلْءَايَٰتِ لَعَلَّهُمْ يَفْقَهُونَ ﴿٦٥﴾

66. Abagarariji mu bantu bawe warungitsweko, barahakanye bivuye inyuma Qor'ani kandi ari co Gitabu kirimwo ukuri. Babwire uti: "Sinjejwe namba kubabungabungira no kugenzura ibikorwa vyanyu, njejwe gusa kubashikiriza ubutumwa narungikanwe".

وَكَذَّبَ بِهِۦ قَوْمُكَ وَهُوَ ٱلْحَقُّ ۚ قُل لَّسْتُ عَلَيْكُم بِوَكِيلٍ ﴿٦٦﴾

67. Burya inkuru yose irafise aho igarukira, ukuri n'ikinyoma bigaheza bikamenyekana, impera n'imperuka

لِّكُلِّ نَبَإٍ مُّسْتَقَرٌّ ۚ وَسَوْفَ تَعْلَمُونَ ﴿٦٧﴾

[1] Ni umumalayika ajejwe urupfu "Malaku l'mawti" n'abafasha biwe.
[2] Nk'imvura y'amabuye canke y'imyuzurira, n'ibindi.
[3] Nka nyamugigima canke kumirwa n'isi.

rero muzomenya inkurikizi z'ivyo mugira igihe mwashikiwe n'ibihano vy'Imana Allah.

وَإِذَا رَأَيْتَ ٱلَّذِينَ يَخُوضُونَ فِىٓ ءَايَـٰتِنَا فَأَعْرِضْ عَنْهُمْ حَتَّىٰ يَخُوضُوا۟ فِى حَدِيثٍ غَيْرِهِۦ ۚ وَإِمَّا يُنسِيَنَّكَ ٱلشَّيْطَـٰنُ فَلَا تَقْعُدْ بَعْدَ ٱلذِّكْرَىٰ مَعَ ٱلْقَوْمِ ٱلظَّـٰلِمِينَ ﴿٦٨﴾

68. Ntumwa y'Imana! Niwabona ababangikanyamana bateramye baganira mu gutyoza no guhakana Aayah za Qor'ani, uraheza ubirengagize ntiwicarane na bo gushika batandukiriye ibindi biganiro; nivyashika naho shetani ikakwibagiza guhaguruka, umaze kwibuka, ntuzoheze ngo wicarane n'abirenganya mu kuganira batyoza Aayah za Qor'ani.

وَمَا عَلَى ٱلَّذِينَ يَتَّقُونَ مِنْ حِسَابِهِم مِّن شَىْءٍ وَلَـٰكِن ذِكْرَىٰ لَعَلَّهُمْ يَتَّقُونَ ﴿٦٩﴾

69. Abatinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, ntibajejwe namba indishi y'abaganira mu gutyoza no guhakana Aayah za Qor'ani, ariko ico bajejwe, ni ukubahanura kugira batinye Imana Allah, maze bareke gutyoza Aayah zayo.

وَذَرِ ٱلَّذِينَ ٱتَّخَذُوا۟ دِينَهُمْ لَعِبًا وَلَهْوًا وَغَرَّتْهُمُ ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَا ۚ وَذَكِّرْ بِهِۦٓ أَن تُبْسَلَ نَفْسٌۢ بِمَا كَسَبَتْ لَيْسَ لَهَا مِن دُونِ ٱللَّهِ وَلِىٌّ وَلَا شَفِيعٌ وَإِن تَعْدِلْ كُلَّ عَدْلٍ لَّا يُؤْخَذْ مِنْهَآ ۗ أُو۟لَـٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ أُبْسِلُوا۟ بِمَا كَسَبُوا۟ ۖ لَهُمْ شَرَابٌ مِّنْ حَمِيمٍ وَعَذَابٌ أَلِيمٌۢ بِمَا كَانُوا۟ يَكْفُرُونَ ﴿٧٠﴾

70. Ntumwa y'Imana! Reka ababangikanyamana bagize idini ry'ubwislamu igikinisho n'ikiyago co guteramirako mu gutyoza no guhakana Aayah z'Imana Allah, bakanahendwa n'ibihendamaso vy'ubuzima bwo kw'isi, maze ubibutse ukoresheje Qor'ani kugira ntihagire uwuzokwigovyora igihe yahaniwe ivyo yakoze, ico gihe ntazoronka uwumutabara mu bihano atari Imana Allah, eka ntazoronka n'uwumuvugira kuri Yo kugira ntahanwe, n'aho yotanga imbohozo kugira ntahanwe ntizokwemerwa namba. Abo ni bo rero bazohanirwa ivyo bakoze, bahemburwe n'ikinyobwa c'amarike yasebuye akaryimara, bahabwe n'ibihano bibabaza bitewe n'ukuntu bagarariza Imana Allah n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bagahakana n'ubwislamu.

قُلْ أَنَدْعُوا۟ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَا لَا يَنفَعُنَا وَلَا يَضُرُّنَا وَنُرَدُّ عَلَىٰٓ أَعْقَـٰبِنَا بَعْدَ إِذْ هَدَىٰنَا ٱللَّهُ كَٱلَّذِى ٱسْتَهْوَتْهُ ٱلشَّيَـٰطِينُ فِى ٱلْأَرْضِ حَيْرَانَ لَهُۥٓ أَصْحَـٰبٌ يَدْعُونَهُۥٓ إِلَى ٱلْهُدَى ٱئْتِنَا ۗ قُلْ إِنَّ هُدَى ٱللَّهِ هُوَ ٱلْهُدَىٰ ۖ وَأُمِرْنَا لِنُسْلِمَ لِرَبِّ ٱلْعَـٰلَمِينَ ﴿٧١﴾

71. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Mbega none twiyegereze mu gusenga mu gishingo c'Imana Allah ibigirwamana ata co vyotumarira mu gihe twobisenga, ata n'ico vyotwicira mu gihe tworeka kubisenga, gutyo dusubire mu bugarariji inyuma y'aho Imana Allah Iturongoreye mu bwislamu, duce tuba nk'uwohejwe n'amashetani akazimira inzira, kandi ari kumwe n'abagenzi b'abanyabwenge bemera bamuzimurura bamugarura mu nzira ishika bati: "Ingo nyabuna dufadikanye inzira", hanyuma akanka kuzimururwa!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mu vy'ukuri, uburongozi bw'Imana Allah Yandungikanye, ni bwo burongozi nyabwo, twaranategetswe twese kwicisha bugufi ku Mubungabunzi w'ibiremwa vyose mu kwiyegereza Imana Allah mu vyo dukora vyose tunayisenge tutayibangikanya";

72. Twarategetswe kandi duti: “Nimutsimbataze amasengesho ku mwanya yagenewe, muheze rero mutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Ni no kuri Yo muzokwegeranirizwa mwese ku musi w’izuka”.

وَأَنْ أَقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَٱتَّقُوهُۚ وَهُوَ ٱلَّذِيٓ إِلَيۡهِ تُحۡشَرُونَ ٧٢

73. Imana Allah, ni Yo Yaremye vy’ukuri amajuru n’isi. Ntumwa y’Imana! Ibuka n’umusi w’umuhero w’isi igihe Imana Allah Yavuze Iti: “Ba”, ugaca uba ubwo nyene nk’ikubita ry’urugohe. Ijambo ryayo ni kwo kuri kudahinyuzwa. Ni Yo Nyenubwami umusi havugijwe inzamba igira kabiri yo kuzuka kw’ibiremwa. Ni Yo Izi ibinyegejwe ibiremwa n’ibiboneka, ni na Yo Ntungane rero mu vyo Ikora, Muhetuziwavyose.

وَهُوَ ٱلَّذِي خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ بِٱلۡحَقِّۖ وَيَوۡمَ يَقُولُ كُن فَيَكُونُۚ قَوۡلُهُ ٱلۡحَقُّۚ وَلَهُ ٱلۡمُلۡكُ يَوۡمَ يُنفَخُ فِي ٱلصُّورِۚ عَٰلِمُ ٱلۡغَيۡبِ وَٱلشَّهَٰدَةِۚ وَهُوَ ٱلۡحَكِيمُ ٱلۡخَبِيرُ ٧٣

74. Ntumwa y’Imana! Ibuka n’igihe Ibrahimu (nyakugira amahoro y’Imana Allah) abwira se wiwe Aazara ati: “Mbega none ufata ibishusho ukabigira ibigirwamana usenga mu gishingo c’Imana Allah! Jewe mu vy’ukuri mbona ko wewe hamwe n’abantu bawe muri mu buhuvyi bugaragara”.

۞وَإِذۡ قَالَ إِبۡرَٰهِيمُ لِأَبِيهِ ءَازَرَ أَتَتَّخِذُ أَصۡنَامًا ءَالِهَةًۖ إِنِّيٓ أَرَىٰكَ وَقَوۡمَكَ فِي ضَلَٰلٖ مُّبِينٖ ٧٤

75. Ni nk’uko nyene rero Ibrahimu - Twamurongoye mu kwiyegereza Imana Allah mu vyo akora vyose anayisenga - Tumwereka ubwami buhambaye bw’amajuru n’isi kugira abe mu bantu batsimbataye ku kwemera.

وَكَذَٰلِكَ نُرِيٓ إِبۡرَٰهِيمَ مَلَكُوتَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَلِيَكُونَ مِنَ ٱلۡمُوقِنِينَ ٧٥

76. Igihe ijoro ryijima, Ibrahimu (nyakugira amahoro y’Imana Allah) yabonye inyenyeri maze abwira abantu yarungitsweko ashaka kubereka ko ukwemera kwabo gushingiye ku kinyoma[1], ati: “Iyi, ngira ngo ni yo mana yanje!”. Nya nyenyeri imaze kurenga, ni ho yababwira ati: “Eka! Sinkunda imana zihita zikazimangana”.

فَلَمَّا جَنَّ عَلَيۡهِ ٱلَّيۡلُ رَءَا كَوۡكَبٗاۖ قَالَ هَٰذَا رَبِّيۖ فَلَمَّآ أَفَلَ قَالَ لَآ أُحِبُّ ٱلۡأٓفِلِينَ ٧٦

77. Igihe yabona ukwezi guserutse, yababwiye ati: “Iyi, ngira ngo ni yo mana yanje”. Kwa kwezi kumaze kurenga, ni ho yababwira n’agashinyaguro ati: “Imana yanje Rurema nitanshoboza gutumbera ukuri, ni ukuri nzohava mba mu bantu bahuvye inzira igororotse!”.

فَلَمَّا رَءَا ٱلۡقَمَرَ بَازِغٗا قَالَ هَٰذَا رَبِّيۖ فَلَمَّآ أَفَلَ قَالَ لَئِن لَّمۡ يَهۡدِنِي رَبِّي لَأَكُونَنَّ مِنَ ٱلۡقَوۡمِ ٱلضَّآلِّينَ ٧٧

78. Igihe yabona izuba riserutse, yababwiye ati: “Iyi, ngira ngo ni yo mana yanje, iyi ni yo nini gusumba inyenyeri n’ukwezi”. Rya zuba rimaze kurenga, ni ho yababwira ati: “Jewe mu vy’ukuri, nditandukanije n’ivyo mubangikanya n’Imana Allah mu bishusho n’inyenyeri;

فَلَمَّا رَءَا ٱلشَّمۡسَ بَازِغَةٗ قَالَ هَٰذَا رَبِّي هَٰذَآ أَكۡبَرُۖ فَلَمَّآ أَفَلَتۡ قَالَ يَٰقَوۡمِ إِنِّي بَرِيٓءٞ مِّمَّا تُشۡرِكُونَ ٧٨

79. Jewe mu vy’ukuri, naramaze gutumbera Imana Allah Yaremye amajuru n’isi mu kuyiyegereza mu vyo nkora vyose, nkanayisenga ntayibangikanya, kandi jewe si ndi mu babangikanyamana”.

إِنِّي وَجَّهۡتُ وَجۡهِيَ لِلَّذِي فَطَرَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ حَنِيفٗاۖ وَمَآ أَنَا۠ مِنَ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ٧٩

---

[1] Hari mu ntumbero yo kubereka ko ibigirwamana basenga harimwo n’inyenyeri, bidakwiye gusengwa kuko ata co vyimariye.

80. Abantu Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yarungitsweko baramuharirije ku vyerekeye isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, maze ababwira ati: "Mbega mumpaririza ku vyerekeye isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, kandi Yaramaze kunshoboza kumenya ko ari Yo Ikwiye gusengwa ari Imwe Rudende! Sindanatinya ko ibigirwamana musenga hari ico vyontwara kiretse mu gihe Imana yanje Rurema Allah Yoshaka ko hari ikinshikira. Burya ubumenyi bw'Imana yanje Rurema Allah bukikije ikintu cose. Mbega ntimwokwibuka mukamenya ko ari Yo Ikwiye gusengwa Itabangikanywa!".

وَحَآجَّهُۥ قَوۡمُهُۥۚ قَالَ أَتُحَٰٓجُّوٓنِّي فِي ٱللَّهِ وَقَدۡ هَدَىٰنِۚ وَلَآ أَخَافُ مَا تُشۡرِكُونَ بِهِۦٓ إِلَّآ أَن يَشَآءَ رَبِّي شَيۡـٔٗاۗ وَسِعَ رَبِّي كُلَّ شَيۡءٍ عِلۡمًاۗ أَفَلَا تَتَذَكَّرُونَ ٨٠

81. Ni gute notinya ko ibigirwamana musenga hari ico vyontwara, mu gihe na mwe mudatinya ko mwabangikanije Imana Allah mu buryo ata n'icemezo Yabamanuriye kibibarekurira! Mbega ni uwuhe mugwi hagati y'ababangikanyamana n'abemeramana ukwiye gutekanirwa ko utazohanwa n'Imana Allah! Nimwaba muzi neza ukuri kw'ivyo ndababwiye, nimunyishure!

وَكَيۡفَ أَخَافُ مَآ أَشۡرَكۡتُمۡ وَلَا تَخَافُونَ أَنَّكُمۡ أَشۡرَكۡتُم بِٱللَّهِ مَا لَمۡ يُنَزِّلۡ بِهِۦ عَلَيۡكُمۡ سُلۡطَٰنٗاۚ فَأَيُّ ٱلۡفَرِيقَيۡنِ أَحَقُّ بِٱلۡأَمۡنِۖ إِن كُنتُمۡ تَعۡلَمُونَ ٨١

82. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, hanyuma ntibavanga ukwemera kwabo n'ibangikanyamana, abo ni bo rero batekaniwe, ni na bo bagororotsi bashobojwe n'Imana Allah.

ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَلَمۡ يَلۡبِسُوٓاْ إِيمَٰنَهُم بِظُلۡمٍ أُوْلَٰٓئِكَ لَهُمُ ٱلۡأَمۡنُ وَهُم مُّهۡتَدُونَ ٨٢

83. Icemezo Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yashikirije abantu yarungitsweko, ni co cemezo cacu Twebwe Allah Twamushoboje gushikako, kugira bananirwe kwisigura. Burya Tuduza ivyubahiro kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa abo Dushaka mu baja bacu. Mu vy'ukuri, Imana yawe Rurema Allah, ni Intungane mu vyo Ikora, Nyenubumenyikurivyose.

وَتِلۡكَ حُجَّتُنَآ ءَاتَيۡنَٰهَآ إِبۡرَٰهِيمَ عَلَىٰ قَوۡمِهِۦۚ نَرۡفَعُ دَرَجَٰتٖ مَّن نَّشَآءُۗ إِنَّ رَبَّكَ حَكِيمٌ عَلِيمٞ ٨٣

84. Twaranahaye Ibrahimu umwana yitwa Is-haka n'umwuzukuru avyarwa na Is-haka yitwa Yakubu, umwe wese muri bo rero Twaramushoboje gukurikira inzira igorororotse. Na Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) aho hambere yabo Twaramushoboje gukurikira ukuri, Twongera Dushoboza gukurikira ukuri urwaruka rukomoka kuri Nuhu, ari rwo Dawudi, Sulayimani, Ayubu, Yusufu, Musa na Haruna (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah). Kurya rero Twahemvye abo Bavugishwamana ku bugwaneza bwabo, ni kwo nyene Duhemba abagwaneza.

وَوَهَبۡنَا لَهُۥٓ إِسۡحَٰقَ وَيَعۡقُوبَۚ كُلّٗا هَدَيۡنَاۚ وَنُوحٗا هَدَيۡنَا مِن قَبۡلُۖ وَمِن ذُرِّيَّتِهِۦ دَاوُۥدَ وَسُلَيۡمَٰنَ وَأَيُّوبَ وَيُوسُفَ وَمُوسَىٰ وَهَٰرُونَۚ وَكَذَٰلِكَ نَجۡزِي ٱلۡمُحۡسِنِينَ ٨٤

85. Ni nk'ukwo nyene rero Twarongoye mu nzira igorororotse Zakariya, Yahaya, Isa na Ilyaasi. Abo Bavugishwamana bose bari mu beranda.

وَزَكَرِيَّا وَيَحۡيَىٰ وَعِيسَىٰ وَإِلۡيَاسَۖ كُلّٞ مِّنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ٨٥

86. Twaranarongoye mu nzira igorororotse Ismayili, Alyasa'a, Yunusu na Luutwi. Izo Ntumwa zose rero

وَإِسۡمَٰعِيلَ وَٱلۡيَسَعَ وَيُونُسَ وَلُوطٗاۚ وَكُلّٗا فَضَّلۡنَا عَلَى ٱلۡعَٰلَمِينَ ٨٦

Twarazihaye icubahiro gisumba ic'ibindi biremwa vyose mu gihe cazo.

وَمِنْ ءَابَآئِهِمْ وَذُرِّيَّٰتِهِمْ وَإِخْوَٰنِهِمْ ۖ وَٱجْتَبَيْنَٰهُمْ وَهَدَيْنَٰهُمْ إِلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٨٧﴾

87. Ni nk'ukwo Twashoboje gukurikira ukuri abo Dushaka mu bavyeyi bazo, mu ruvyaro rwazo no muri benewabo, Twarabatoye Tubarungika gushikiriza ubutumwa ku bantu babo, Turanabarongora mu nzira igororotse yo gusenga Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa.

ذَٰلِكَ هُدَى ٱللَّهِ يَهْدِى بِهِۦ مَن يَشَآءُ مِنْ عِبَادِهِۦ ۚ وَلَوْ أَشْرَكُوا۟ لَحَبِطَ عَنْهُم مَّا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿٨٨﴾

88. Ubwo ni bwo bugororotsi rero buva ku Mana Allah, Ishoboza kubukurikira uwo Ishatse mu biremwa vyayo. Iyo bishika rero ko Abavugishwamana bahirahira bakabangikanya Imana Allah, ibikorwa vyabo ni ukuri vyari guhunguruka bikaba impfagusa.

أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ ءَاتَيْنَٰهُمُ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحُكْمَ وَٱلنُّبُوَّةَ ۚ فَإِن يَكْفُرْ بِهَا هَٰٓؤُلَآءِ فَقَدْ وَكَّلْنَا بِهَا قَوْمًا لَّيْسُوا۟ بِهَا بِكَٰفِرِينَ ﴿٨٩﴾

89. Abo Bavugishwamana rero, ni bo Twahaye Igitabu[1] Tunabaha kugitahura no gushikiriza ubutumwa bwacu. Ntumwa y'Imana! Abagarariji mu bantu warungitsweko, nibaramuka bahakanye bivuye inyuma Aayah za Qor'ani, ni ukuri baramenya ko Twamaze gushoboza kuzemera abandi bantu[2] batazokwigera bazigarariza.

أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ هَدَى ٱللَّهُ ۖ فَبِهُدَىٰهُمُ ٱقْتَدِهْ ۗ قُل لَّآ أَسْـَٔلُكُمْ عَلَيْهِ أَجْرًا ۖ إِنْ هُوَ إِلَّا ذِكْرَىٰ لِلْعَٰلَمِينَ ﴿٩٠﴾

90. Abo Bavugishwamana, ni bo Imana Allah Yashoboje kuba abagororotsi. Ntumwa y'Imana! Urakurikira rero, ubugororotsi bwabo. Bwira ababangikanyamana uti: "Sindabasaba impembo mu vy'isi kw'ishikirizabutumwa ryanje, impembo yanje ndayiziga ku Mana Allah. Ubutumwa bw'ubwislamu si ikindi rero, kiretse ko ari ukurarikira n'ukwibutsa abantu bose kuba abagororotsi".

وَمَا قَدَرُوا۟ ٱللَّهَ حَقَّ قَدْرِهِۦٓ إِذْ قَالُوا۟ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ عَلَىٰ بَشَرٍ مِّن شَىْءٍ ۗ قُلْ مَنْ أَنزَلَ ٱلْكِتَٰبَ ٱلَّذِى جَآءَ بِهِۦ مُوسَىٰ نُورًا وَهُدًى لِّلنَّاسِ ۖ تَجْعَلُونَهُۥ قَرَاطِيسَ تُبْدُونَهَا وَتُخْفُونَ كَثِيرًا ۚ وَعُلِّمْتُم مَّا لَمْ تَعْلَمُوٓا۟ أَنتُمْ وَلَآ ءَابَآؤُكُمْ ۖ قُلِ ٱللَّهُ ۙ ثُمَّ ذَرْهُمْ فِى خَوْضِهِمْ يَلْعَبُونَ ﴿٩١﴾

91. Ababangikanyamana ntibahaye Imana Allah icubahiro nya cubahiro kiyikwiye, igihe bahakana imanurwa ry'Ibitabu bakinamura bati: "Imana Allah ntiyigeze Ihishurira n'umwe mu biremwa ikintu na kimwe". Babwire uti: "Nivyaba ari nk'uko mubivuga, none ni nde yamanuriye Musa Igitabu ca Tawurati yazaniye abantu biwe kugira kibabere umuco utandukanya ukuri n'ikinyoma, kibabere n'inzira y'ubugororotsi!", ni na co Gitabu mwebwe abayahudi mwagize impapuro zitatanye, mwerekana zimwe, mukanyegeza nyinshi muri zo[3]. Bantu ba Muhamadi! Na mwe mwarigishijwe muri Qor'ani ivyo mutari muzi[4], mwebwe hamwe n'abavyeyi banyu. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Imana Allah, ni Yo Yamanuye

[1] Nk'Imizingo Twahaye Ibrahimu, Tawurati Twahaye Musa, Zaburi Twahaye Dawudi n'Injili Twahaye Isa.

[2] Mu bimukira "Al-Muhaajiriina" n'abasangwa "Al-Answaar" n'abazobakurikira "Al-Taabi'iina" gushika ku musi w'iherezo.

[3] Mu vyanyegejwe muri Tawurati, ni ibiranga Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

[4] Muri Qor'ani, harimwo inkuru z'ivyabaye aho hambere yanyu, ibizoba muri kazoza n'ibizobashikira inyuma yo gupfa.

nya Gitabu", hanyuma ubarekere mw'ihakana n'ityoza ryabo.

وَهَٰذَا كِتَٰبٌ أَنزَلْنَٰهُ مُبَارَكٌ مُّصَدِّقُ ٱلَّذِى بَيْنَ يَدَيْهِ وَلِتُنذِرَ أُمَّ ٱلْقُرَىٰ وَمَنْ حَوْلَهَا ۗ وَٱلَّذِينَ يُؤْمِنُونَ بِٱلْءَاخِرَةِ يُؤْمِنُونَ بِهِۦ ۖ وَهُمْ عَلَىٰ صَلَاتِهِمْ يُحَافِظُونَ ﴿٩٢﴾

92. Ntumwa y'Imana! N'iyi Qor'ani, ni Igitabu Twakumanuriye gihezagiwe, gishimangira ukuri kw'ivyamanuwe mu Bitabu vyo hambere yaco. Twakikumanuriye no kugira ugabishe ku bihano vy'Imana Allah abantu b'i Makka, n'abandi bo mu micungararo y'aho kw'isi yose. Abemera ko hariho ubuzima bw'inyuma yo gupfa, baremera ko Qor'ani ari amajambo y'Imana Allah, bakanatsimbataza n'amasengesho ku mwanya yagenewe.

وَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّنِ ٱفْتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا أَوْ قَالَ أُوحِىَ إِلَىَّ وَلَمْ يُوحَ إِلَيْهِ شَىْءٌ وَمَن قَالَ سَأُنزِلُ مِثْلَ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ ۗ وَلَوْ تَرَىٰٓ إِذِ ٱلظَّٰلِمُونَ فِى غَمَرَٰتِ ٱلْمَوْتِ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةُ بَاسِطُوٓا۟ أَيْدِيهِمْ أَخْرِجُوٓا۟ أَنفُسَكُمُ ۖ ٱلْيَوْمَ تُجْزَوْنَ عَذَابَ ٱلْهُونِ بِمَا كُنتُمْ تَقُولُونَ عَلَى ٱللَّهِ غَيْرَ ٱلْحَقِّ وَكُنتُمْ عَنْ ءَايَٰتِهِۦ تَسْتَكْبِرُونَ ﴿٩٣﴾

93. Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah ko Itigeze Ituma Intumwa mu bantu; canke uwuvuga ati: "Narahishuriwe", kandi Imana Allah Itigeze Imuhishurira ikintu na kimwe; canke uwuvuga ati: "Nanje ndashoboye kumanura nk'ivyo Imana Allah Yamanuye muri Qor'ani!". Ntumwa y'Imana! Iyo uba wobona ukuntu abirenganya mu kurementaniriza Imana Allah bamerewe igihe bari ku mpfiro, wobonye igitangaza giteye ubwoba igihe abamalayika bajejwe kwakira imishaha y'ibiremwa, bariko barababwira n'agashinyaguro n'akantu bati: "Nimwikuremwo imishaha yanyu rero! Uno musi muhabwa igihano c'agasuzuguro gitewe n'ukuntu mwahora murementaniriza Imana Allah, n'ukuntu mwahora mugira amanyama mu kudakurikira Qor'ani n'Intumwa z'Imana Allah";

وَلَقَدْ جِئْتُمُونَا فُرَٰدَىٰ كَمَا خَلَقْنَٰكُمْ أَوَّلَ مَرَّةٍ وَتَرَكْتُم مَّا خَوَّلْنَٰكُمْ وَرَآءَ ظُهُورِكُمْ ۖ وَمَا نَرَىٰ مَعَكُمْ شُفَعَآءَكُمُ ٱلَّذِينَ زَعَمْتُمْ أَنَّهُمْ فِيكُمْ شُرَكَٰٓؤُا۟ ۚ لَقَد تَّقَطَّعَ بَيْنَكُمْ وَضَلَّ عَنكُم مَّا كُنتُمْ تَزْعُمُونَ ﴿٩٤﴾

94. Ku musi w'izuka naho bazobwirwa bati: "Ni ukuri mwaje guharurirwa iwacu Twebwe Allah umwumwe ku gatwe kiwe; nk'uko Twabaremye ubwa mbere kw'isi mukavuka n'ibirenge bisa, muri gusa. Ivyo Twabahaye mwahora mwishimira, vyose mwabisize inyuma y'umugongo kw'isi, nta n'umwe Tubona muri kumwe mu bigirwamana mwahora mwibaza ko vyobavugira ku Mana Allah, mukibaza n'uko bikwiye kubangikanywa n'Imana Allah. Ni ukuri ico mwapfana kw'isi carangiye, n'ivyo mwahora mwemera vyose mu bigirwamana vyazimanganye.

إِنَّ ٱللَّهَ فَالِقُ ٱلْحَبِّ وَٱلنَّوَىٰ ۖ يُخْرِجُ ٱلْحَىَّ مِنَ ٱلْمَيِّتِ وَمُخْرِجُ ٱلْمَيِّتِ مِنَ ٱلْحَىِّ ۚ ذَٰلِكُمُ ٱللَّهُ ۖ فَأَنَّىٰ تُؤْفَكُونَ ﴿٩٥﴾

95. Mu vy'ukuri, Imana Allah Isatura urutete rukagondora rukavamwo igiterwa; Isatura n'urubuto rukagondora rukavamwo igiti; Irema kizima mu capfuye[1], Igakura icapfuye muri kizima[2]. Uwushoboye rero kurema ivyo vyose, ni Yo Mana Allah, Ikwiye gusengwa

[1] Nko kurema umuntu canke igikoko mu ntanga.
[2] Nko kurema intanga mu muntu canke mu gikoko.

Itabangikanywa. None ni gute muyibangikanya ha kuyisenga ari Imwe Rudende!

فَالِقُ ٱلْإِصْبَاحِ وَجَعَلَ ٱلَّيْلَ سَكَنًا وَٱلشَّمْسَ وَٱلْقَمَرَ حُسْبَانًا ۚ ذَٰلِكَ تَقْدِيرُ ٱلْعَزِيزِ ٱلْعَلِيمِ ﴿٩٦﴾

96. Isokora umuco w'umurango mu mwijima w'ijoro iyo umutwenzi ukitse; Yagize n'ijoro akaryo ko guturura kw'ibiremwa no kuruhuka umuruho wo ku murango; Irema izuba n'ukwezi Ituma bica mu nzira-ntasobwa ku giharuro gitegekanijwe kitihenda na gato. Iyo rero, ni yo nteguro y'Imana Allah Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenubumenyikurivyose.

وَهُوَ ٱلَّذِى جَعَلَ لَكُمُ ٱلنُّجُومَ لِتَهْتَدُوا۟ بِهَا فِى ظُلُمَٰتِ ٱلْبَرِّ وَٱلْبَحْرِ ۗ قَدْ فَصَّلْنَا ٱلْءَايَٰتِ لِقَوْمٍ يَعْلَمُونَ ﴿٩٧﴾

97. Ni na Yo Yabaremeye inyenyeri, Izigira ibimenyetso mumenyerako inzira mu mwijima w'ijoro ry'imusozi n'iryo mw'ibahari. Ni ukuri, Twebwe Allah Twaramaze gutomorera abantu b'incabwenge ivyemezo vy'ubwoko bwose vyerekana ubushobozi n'ububasha bw'Imana Allah mu kurema.

وَهُوَ ٱلَّذِىٓ أَنشَأَكُم مِّن نَّفْسٍ وَٰحِدَةٍ فَمُسْتَقَرٌّ وَمُسْتَوْدَعٌ ۗ قَدْ فَصَّلْنَا ٱلْءَايَٰتِ لِقَوْمٍ يَفْقَهُونَ ﴿٩٨﴾

98. Ni na Yo Yatanguye kubarema Ibakomoye kuri Adamu yaremwe mw'ivu, hanyuma muraheza murarondoka mu kuvyara, Ibagirira ubutururo mu bitereko vy'abagore n'ububiko bw'intanga mu ruti rw'umugongo w'abagabo. Ni ukuri, Twebwe Allah Twaramaze gutomorera abantu batahura ivyemezo vy'ubwoko bwose.

وَهُوَ ٱلَّذِىٓ أَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَأَخْرَجْنَا بِهِۦ نَبَاتَ كُلِّ شَىْءٍ فَأَخْرَجْنَا مِنْهُ خَضِرًا نُّخْرِجُ مِنْهُ حَبًّا مُّتَرَاكِبًا وَمِنَ ٱلنَّخْلِ مِن طَلْعِهَا قِنْوَانٌ دَانِيَةٌ وَجَنَّٰتٍ مِّنْ أَعْنَابٍ وَٱلزَّيْتُونَ وَٱلرُّمَّانَ مُشْتَبِهًا وَغَيْرَ مُتَشَٰبِهٍ ۗ ٱنظُرُوٓا۟ إِلَىٰ ثَمَرِهِۦٓ إِذَآ أَثْمَرَ وَيَنْعِهِۦٓ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكُمْ لَءَايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ ﴿٩٩﴾

99. Ni na Yo Ituma imvura igwa ivuye mu bicu izananye mu kirere, gutyo Twebwe Allah Tukanagisha ibiterwa vy'ubwoko bwose, Tugaheza Tukabikuramwo ibiterwa n'ibiti bibisi, maze Tugakura muri nya biterwa intete zicucikiranye[1], Tugakura no mu gitutwe[2] c'itende ivyamwa vy'itende zamurwa vyoroshe, Tukanagira imirima y'ivyamwa vy'imizabibu, imizayituni n'imikomamanga, vyose ugasanga birasa ku mababi, bigatandukana mu ndemo, ibara n'akanovera k'ivyamwa. Bantu! Ehe nimurabe rero ivyo vyamwa iyo bigeze gushurika n'iyo vyeze hageze kuvyamura! Mu vy'ukuri, muri ivyo vyose rero, harimwo ivyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha bw'Imana Allah mu kurema, ku bantu bayemera bakubahiriza n'amabwirizwa yayo.

وَجَعَلُوا۟ لِلَّهِ شُرَكَآءَ ٱلْجِنَّ وَخَلَقَهُمْ ۖ وَخَرَقُوا۟ لَهُۥ بَنِينَ وَبَنَٰتٍۭ بِغَيْرِ عِلْمٍ ۚ سُبْحَٰنَهُۥ وَتَعَٰلَىٰ عَمَّا يَصِفُونَ ﴿١٠٠﴾

100. Ababangikanyamana bagize amajini abangikanywa n'Imana Allah bibaza ko hari ico yobungura canke ico yobatwara, kandi Imana Allah ari Yo Yabaremye hamwe n'ivyo bayibangikanya. Baranomekereye ku Mana Allah abana b'ababungu n'ab'abakobwa ku kutamenya ibiyiranga mu kuntu Iteye. Ukuninahazwa ni ukwayo, niyubahwe! Ntikitirirwe ivyo barementanya.

---

[1] Nk'ingano n'umuceri, n'ibindi.

[2] Igitutwe, ni agasaho itende ishurikiramwo gaheza kakisatura hageze ko iheka amashurwe. Kameze nka karya amasaka, inazi canke ikigazi bishurikiramwo.

101. Ni Yo Yaremye amajuru n'isi n'ibiri muri vyo ata co Irinze gufatirako. Ni gute Yogira umwana kandi Itanagira umugore! Ni Yo Yanaremye ikintu cose kibaho, ni na Yo rero burya Izi ikintu cose gikozwe n'ibiremwa, ni Nyenubumenyikurivyose.

بَدِيعُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ أَنَّىٰ يَكُونُ لَهُۥ وَلَدٞ وَلَمۡ تَكُن لَّهُۥ صَٰحِبَةٗۖ وَخَلَقَ كُلَّ شَيۡءٖۖ وَهُوَ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٞ ١٠١

102. Babangikanyamana! Iyo rero, ni Yo Mana yanyu Rurema Allah, nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Yo, Yaremye ikintu cose kibaho, nimuyiyegereze rero mu vyo mukora vyose munayisenge. Ni na Yo rero Muhagarikizi Ibungabunga ibintu vyose;

ذَٰلِكُمُ ٱللَّهُ رَبُّكُمۡۖ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَۖ خَٰلِقُ كُلِّ شَيۡءٖ فَٱعۡبُدُوهُۚ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ وَكِيلٞ ١٠٢

103. Ntibonwa n'amaso y'ibiremwa kw'isi[1] mu gihe Yo Ibona ibiremwa vyose. Ni na Yo rero Rumenyi-Rudahishwa, Muhetuziwavyose!

لَّا تُدۡرِكُهُ ٱلۡأَبۡصَٰرُ وَهُوَ يُدۡرِكُ ٱلۡأَبۡصَٰرَۖ وَهُوَ ٱللَّطِيفُ ٱلۡخَبِيرُ ١٠٣

104. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Mwaramaze gushikirwa n'ivyemezo bigaragara[2] bivuye ku Mana yanyu Rurema Allah bitandukanya ubugororotsi n'ubuhuvyi. Uwuzobitahura rero akemera, izoba ari ineza kuri we; uwutazobitahura na we, azoba yikwegeye akarambaraye. Jewe sinjejwe kubungabunga ivyo mukora, njejwe gusa gushikiriza ubutumwa".

قَدۡ جَآءَكُم بَصَآئِرُ مِن رَّبِّكُمۡۖ فَمَنۡ أَبۡصَرَ فَلِنَفۡسِهِۦۖ وَمَنۡ عَمِيَ فَعَلَيۡهَاۚ وَمَآ أَنَا۠ عَلَيۡكُم بِحَفِيظٖ ١٠٤

105. Ntumwa y'Imana! Ni nk'uko nyene rero - Twebwe Allah Dutomora ivyemezo vyerekana ukuri kugira ngo kumenyekane - Duheza Tugatomorera ababangikanyamana ivyo batazi, kugira bahakane bigovyora bati: "Wavyigishijwe n'abahawe Igitabu", no kugira Dutomorere ukuri abantu b'incabwenge, baheze bagukurikire[3].

وَكَذَٰلِكَ نُصَرِّفُ ٱلۡأٓيَٰتِ وَلِيَقُولُواْ دَرَسۡتَ وَلِنُبَيِّنَهُۥ لِقَوۡمٖ يَعۡلَمُونَ ١٠٥

106. Ntumwa y'Imana! Kurikira nyabuna amabwirizwa wahishuriwe n'Imana yawe Rurema Allah, ashingiye ku kwemera ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Yo, unirengagize ubutumva bw'ababangikanyamana.

ٱتَّبِعۡ مَآ أُوحِيَ إِلَيۡكَ مِن رَّبِّكَۖ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَۖ وَأَعۡرِضۡ عَنِ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ١٠٦

107. Iyo rero Imana Allah Ishaka ko batayibangikanya, ntibari kuyibangikanya, ariko Irazi neza mu vyagezwe ko bazohitamwo ibangikanyamana. Kanatsinda, ntitwakugize umubungabunzi w'ivyo bakora, eka nturi n'umuhagarikizi ajejwe kubatunganiriza uko babayeho.

وَلَوۡ شَآءَ ٱللَّهُ مَآ أَشۡرَكُواْۖ وَمَا جَعَلۡنَٰكَ عَلَيۡهِمۡ حَفِيظٗاۖ وَمَآ أَنتَ عَلَيۡهِم بِوَكِيلٖ ١٠٧

108. Bislamu! Ntimugatuke ibigirwamana basenga mu gishingo c'Imana Allah, ku kwanka ko na bo bohava batuka Imana Allah ku kutamenya icubahiro cayo. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twabaryohereje gukora

وَلَا تَسُبُّواْ ٱلَّذِينَ يَدۡعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ فَيَسُبُّواْ ٱللَّهَ عَدۡوَۢا بِغَيۡرِ عِلۡمٖۗ كَذَٰلِكَ زَيَّنَّا

[1] Ariko mu buzima bw'inyuma yo gupfa, abemeramana bazoyibona n'amaso ukuri kwamye.
[2] Biri muri Qor'ani n'inyigisho z'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).
[3] Abo, ni abemeye bakanakurikira Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe n'ivyo yahishuriwe muri Qor'ani.

ibibi ku kubahana kuko ari vyo bihitiyemwo ubwabo - Turyohereza umugwi wose w'abantu ibikorwa wihitiyemwo, hanyuma bazosubizwa ku Mana yabo Rurema Allah, Iheze Ibamenyeshe ido n'ido y'ivyo bahora bakora kw'isi, Inabibahembere.

لِكُلِّ أُمَّةٍ عَمَلَهُمْ ثُمَّ إِلَىٰ رَبِّهِم مَّرْجِعُهُمْ فَيُنَبِّئُهُم بِمَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١٠٨﴾

109. Ababangikanyamana bararahiye bararengwa kw'izina ry'Imana Allah, ko Muhamadi aramutse abashikirije igitangaro bazocemera. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ni ukuri, burya ibitangaro biva ku Mana Allah. Mbega bemeramana! Ni igiki cobamenyesha ko ivyo bitangaro mu gihe vyoshika, batovyemera!".

وَأَقْسَمُوا۟ بِٱللَّهِ جَهْدَ أَيْمَٰنِهِمْ لَئِن جَآءَتْهُمْ ءَايَةٌ لَّيُؤْمِنُنَّ بِهَا ۖ قُلْ إِنَّمَا ٱلْـَٔايَٰتُ عِندَ ٱللَّهِ ۖ وَمَا يُشْعِرُكُمْ أَنَّهَآ إِذَا جَآءَتْ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿١٠٩﴾

110. Burya imishaha n'amaso vyabo Turanabihindukiza Tugatuma Qor'ani ata na kimwe ibungura, gutyo ntibayemere nk'uko batigeze bayemera ubwa mbere icururuka, Tukanabarekera mu butumva bwabo bajuragirika mu kubura ico bafata n'ico bareka hagati yo kwemera no guhakana.

وَنُقَلِّبُ أَفْـِٔدَتَهُمْ وَأَبْصَٰرَهُمْ كَمَا لَمْ يُؤْمِنُوا۟ بِهِۦٓ أَوَّلَ مَرَّةٍ وَنَذَرُهُمْ فِى طُغْيَٰنِهِمْ يَعْمَهُونَ ﴿١١٠﴾

111. Ntumwa y'Imana! Iyo Twemerera ababangikanyamana ivyo basavye Tukabamanurira abamalayika bavuye mw'ijuru, Tukanazura n'abapfuye bakemeza ko uri Intumwa vy'ukuri, Tukanabegeraniriza ivyo basavye vyose mu bitangaro bakabibona imbona nkubone, ntibari kwemera ivyo ubararikira, ntibari no kuvyubahiriza namba kiretse uwo Imana Allah Ishatse muri bo ko arongoka, ariko abenshi muri bo ntibazi ukuri waje ukuye ku Mana Allah.

۞ وَلَوْ أَنَّنَا نَزَّلْنَآ إِلَيْهِمُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةَ وَكَلَّمَهُمُ ٱلْمَوْتَىٰ وَحَشَرْنَا عَلَيْهِمْ كُلَّ شَىْءٍ قُبُلًا مَّا كَانُوا۟ لِيُؤْمِنُوٓا۟ إِلَّآ أَن يَشَآءَ ٱللَّهُ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَهُمْ يَجْهَلُونَ ﴿١١١﴾

112. Ntumwa y'Imana! Ni nk'uko nyene rero - Twebwe Allah Twakugeragereje ku bansi bakurwanya - Twagerageje Intumwa zose mu guhangana n'abansi b'intumva bakomoka mu bantu no mu majini, gutyo bamwe muri bo bakabwira abandi ijambo risosa ry'ubuhakanyi, kugira uwuryumvise ajane na rwo ahube inzira. Iyo rero Imana yawe Rurema Allah Ishaka, ntibari kukugirira urwanko namba, iryo rikaba ari ryo geragezwa riva kuri Yo. Bareke rero ubirengagize, baheze barendegere mw'irementanya ryabo;

وَكَذَٰلِكَ جَعَلْنَا لِكُلِّ نَبِىٍّ عَدُوًّا شَيَٰطِينَ ٱلْإِنسِ وَٱلْجِنِّ يُوحِى بَعْضُهُمْ إِلَىٰ بَعْضٍ زُخْرُفَ ٱلْقَوْلِ غُرُورًا ۚ وَلَوْ شَآءَ رَبُّكَ مَا فَعَلُوهُ ۖ فَذَرْهُمْ وَمَا يَفْتَرُونَ ﴿١١٢﴾

113. Kugira bumvirizwe banakurikirwe n'abafise imishaha itemera ko hari ubuzima bw'inyuma yo gupfa ngo babwitegurire, baheze bakunde banahitemwo nya rementanya, maze barendegere mu gukora ivyo bakora mu vyaha.

وَلِتَصْغَىٰٓ إِلَيْهِ أَفْـِٔدَةُ ٱلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ بِٱلْـَٔاخِرَةِ وَلِيَرْضَوْهُ وَلِيَقْتَرِفُوا۟ مَا هُم مُّقْتَرِفُونَ ﴿١١٣﴾

114. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Mbega nosaba gute ikitari Imana yanje kitari n'Imana yanyu Allah, ko coruducira jewe na mwe, kandi ari Yo Yabamanuriye Igitabu ca Qor'ani gitomora neza ingingo

أَفَغَيْرَ ٱللَّهِ أَبْتَغِى حَكَمًا وَهُوَ ٱلَّذِىٓ أَنزَلَ إِلَيْكُمُ ٱلْكِتَٰبَ مُفَصَّلًا ۚ وَٱلَّذِينَ

yofatwa ku vyo duhazanako!". Kira noneho, n'abo Twahaye Igitabu ca Tawurati n'ic'Injili, barazi neza ko Qor'ani wayimanuriwe vy'ukuri n'Imana yawe Rurema Allah. Ntukabe namba mu bafise amakenga rero ku vyo Twaguhishuriye.

ءَاتَيۡنَٰهُمُ ٱلۡكِتَٰبَ يَعۡلَمُونَ أَنَّهُۥ مُنَزَّلٞ مِّن رَّبِّكَ بِٱلۡحَقِّۖ فَلَا تَكُونَنَّ مِنَ ٱلۡمُمۡتَرِينَ ١١٤

115. Ijambo ry'Imana yawe Rurema Allah rya Qor'ani, riratunganye mu gushikiriza ukuri mu mvugo n'ingiro no mu ngingo zayo, nta woshobora guhindura na kimwe mw'ijambo ryayo, ni na Yo rero Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi ivyo muhisha mu mishaha yanyu.

وَتَمَّتۡ كَلِمَتُ رَبِّكَ صِدۡقٗا وَعَدۡلٗاۚ لَّا مُبَدِّلَ لِكَلِمَٰتِهِۦۚ وَهُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلۡعَلِيمُ ١١٥

116. Ntumwa y'Imana! Mu gihe vyoshika ukumvira abenshi mu bantu bo kw'isi, boguhubisha inzira y'idini ry'Imana Allah. Kira noneho, ntibakurikira kiretse ivyo bakekeranya ko ari ukuri, nta n'ico bazi kiretse ugukekeranya gusa.

وَإِن تُطِعۡ أَكۡثَرَ مَن فِي ٱلۡأَرۡضِ يُضِلُّوكَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِۚ إِن يَتَّبِعُونَ إِلَّا ٱلظَّنَّ وَإِنۡ هُمۡ إِلَّا يَخۡرُصُونَ ١١٦

117. Mu vy'ukuri, Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Izi bikwiye uwahuvye inzira yayo, ni na Yo Izi neza n'abagororotsi.

إِنَّ رَبَّكَ هُوَ أَعۡلَمُ مَن يَضِلُّ عَن سَبِيلِهِۦۖ وَهُوَ أَعۡلَمُ بِٱلۡمُهۡتَدِينَ ١١٧

118. Bislamu! Murafungura rero inyama z'ivyakerewe habanje kuvugwa izina ry'Imana Allah nimwaba mwemera vy'ukuri ivyemezo vyayo.

فَكُلُواْ مِمَّا ذُكِرَ ٱسۡمُ ٱللَّهِ عَلَيۡهِ إِن كُنتُم بِـَٔايَٰتِهِۦ مُؤۡمِنِينَ ١١٨

119. Mbega ni igiki cobabuza gufungura inyama z'ivyakerewe habanje kuvugwa izina ry'Imana Allah, kandi Imana Allah Yaramaze kubatomorera ivyo Yaziririje ko mufungura! Ariko ku mvo zo kurokora ubuzima, n'ivyaziririjwe nyene murarekuriwe kuvyikorako. Mu vy'ukuri, abenshi mu bahuvye, ni ukuri bisunga ivyipfuzo vyabo mu guhubisha abantu inzira y'Imana Allah, mu kuzirura ivyaziririjwe no mu kuziriziza ivyaziruwe ku bujuju bwabo. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Izi neza abarenga ku mabwirizwa yayo, ni na Yo Izobaharurira Ikanabahembera ivyo bakoze.

وَمَا لَكُمۡ أَلَّا تَأۡكُلُواْ مِمَّا ذُكِرَ ٱسۡمُ ٱللَّهِ عَلَيۡهِ وَقَدۡ فَصَّلَ لَكُم مَّا حَرَّمَ عَلَيۡكُمۡ إِلَّا مَا ٱضۡطُرِرۡتُمۡ إِلَيۡهِۗ وَإِنَّ كَثِيرٗا لَّيُضِلُّونَ بِأَهۡوَآئِهِم بِغَيۡرِ عِلۡمٍۗ إِنَّ رَبَّكَ هُوَ أَعۡلَمُ بِٱلۡمُعۡتَدِينَ ١١٩

120. Bantu! Nimureke munavavanure n'ivyaha vyose, ibikorerwa ku mugaragaro muri vyo n'ibikorerwa mu mpisho. Mu vy'ukuri, abakora ivyaha bazohanwa n'Imana Allah ku vyo bahora bakora.

وَذَرُواْ ظَٰهِرَ ٱلۡإِثۡمِ وَبَاطِنَهُۥٓۚ إِنَّ ٱلَّذِينَ يَكۡسِبُونَ ٱلۡإِثۡمَ سَيُجۡزَوۡنَ بِمَا كَانُواْ يَقۡتَرِفُونَ ١٢٠

121. Bislamu! Ntimugafungure rero inyama z'ivyakerewe hatabanje kuvugwa izina ry'Imana Allah[1]. Mu vy'ukuri, ukuzifungura ni ubutumva bwo kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah. Mu vy'ukuri, intumva mu majini, ni ukuri zosha abahagarikizi bazo mu ntumva z'abantu gukora

وَلَا تَأۡكُلُواْ مِمَّا لَمۡ يُذۡكَرِ ٱسۡمُ ٱللَّهِ عَلَيۡهِ وَإِنَّهُۥ لَفِسۡقٞۗ وَإِنَّ ٱلشَّيَٰطِينَ لَيُوحُونَ إِلَىٰٓ

[1] Nk'intumvyi, icakererewe ibigirwamana canke amajini, n'ibindi.

ibitera amakenga mu gufungura intumvyi, kugira zibaharirize ku vyerekeye iyo ngingo[1]. Nimwaramuka rero muzumviye mu kuzirura ivyaziririjwe, ni ukuri muzoba ababangikanyamana nkabo.

أَوْلِيَآئِهِمْ لِيُجَٰدِلُوكُمْ ۖ وَإِنْ أَطَعْتُمُوهُمْ إِنَّكُمْ لَمُشْرِكُونَ ﴿١٢١﴾

122. Mbega burya akarorero k'umuntu w'igipfamutima ajuragirika mu muzimagiza w'ubuhuvyi, maze Tukamuha ubuzima bw'umushaha akemera, akanakurikira n'Intumwa zacu, Tukamuha n'umuco w'ubugororotsi, ni nk'ak'uwuri mu muzimagiza w'ubuhuvyi butagira uko busa, adashoboye kubuvamwo, ata ni co bumukuramwo! Eka abo nta ho basa basana namba! Ni nk'ukwo nyene rero abagararije baryoherejwe ivyaha bahora bakora kugira bazobihanirwe.

أَوَمَن كَانَ مَيْتًا فَأَحْيَيْنَٰهُ وَجَعَلْنَا لَهُۥ نُورًا يَمْشِى بِهِۦ فِى ٱلنَّاسِ كَمَن مَّثَلُهُۥ فِى ٱلظُّلُمَٰتِ لَيْسَ بِخَارِجٍ مِّنْهَا ۚ كَذَٰلِكَ زُيِّنَ لِلْكَٰفِرِينَ مَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١٢٢﴾

123. Ni nk'uko nyene rero - vyashikiye abagarariji b'i Makka bakaburagiza abantu kwinjira mw'idini ry'Imana Allah - Twatumye mu gacimbiri ako ari ko kose haba intumva zirongowe n'indongozi zazo, kugira zitegure zinashire mu ngiro ubwononyi bwo kurwanya idini ry'Imana Allah, burya ubwo bwononyi zigira, nta wundi buzogarukako atari kuri zo, n'aho ata vyo zumva.

وَكَذَٰلِكَ جَعَلْنَا فِى كُلِّ قَرْيَةٍ أَكَٰبِرَ مُجْرِمِيهَا لِيَمْكُرُوا۟ فِيهَا ۖ وَمَا يَمْكُرُونَ إِلَّا بِأَنفُسِهِمْ وَمَا يَشْعُرُونَ ﴿١٢٣﴾

124. Iyo ababangikanyamana b'i Makka bashikiriwe n'icemezo kigaragara cerekana ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari Intumwa y'ukuri, bamwe mu ndongozi zabo baca bavuga bati: "Ntituzokwigera twemera ubutumwa bwiwe gushika Imana Allah Itugize intumwa, Inaduhe n'ibitangaro nk'ivyo Yahaye Intumwa zayo z'aho hambere". Burya Imana Allah, ni Yo Izi neza uwo Ikwiye gushinga ubutumwa bwayo. Inkozi z'ikibi zizosuzugurika imbere y'Imana Allah, zinahabwe ibihano ruhasha, bitewe n'ubwononyi zahora zikora bwo kurwanya idini.

وَإِذَا جَآءَتْهُمْ ءَايَةٌ قَالُوا۟ لَن نُّؤْمِنَ حَتَّىٰ نُؤْتَىٰ مِثْلَ مَآ أُوتِىَ رُسُلُ ٱللَّهِ ۘ ٱللَّهُ أَعْلَمُ حَيْثُ يَجْعَلُ رِسَالَتَهُۥ ۗ سَيُصِيبُ ٱلَّذِينَ أَجْرَمُوا۟ صَغَارٌ عِندَ ٱللَّهِ وَعَذَابٌ شَدِيدٌۢ بِمَا كَانُوا۟ يَمْكُرُونَ ﴿١٢٤﴾

125. Uwo Imana Allah Ishatse gushoboza kuba umugororotsi, Yorosha umushaha wiwe ugaheza ukemera ubwislamu; uwo Ishatse guhubisha na we, Iremereza umushaha wiwe ugaheza ukananirwa kwemera ukuri, akaba nk'umuntu aduga mu kirere ananiwe, ahezagirika, adashobora no guhema. Ni nk'ukwo nyene rero Imana Allah Iha ibihano abatayemera, kubera ubutumva bwabo.

فَمَن يُرِدِ ٱللَّهُ أَن يَهْدِيَهُۥ يَشْرَحْ صَدْرَهُۥ لِلْإِسْلَٰمِ ۖ وَمَن يُرِدْ أَن يُضِلَّهُۥ يَجْعَلْ صَدْرَهُۥ ضَيِّقًا حَرَجًا كَأَنَّمَا يَصَّعَّدُ فِى ٱلسَّمَآءِ ۚ كَذَٰلِكَ يَجْعَلُ ٱللَّهُ ٱلرِّجْسَ عَلَى ٱلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿١٢٥﴾

126. Ntumwa y'Imana! Iyi rero, ni yo nzira igororotse igana ku gushimwa n'Imana yawe Rurema Allah no ku Bwami bwayo. Ni ukuri, Twaratomoreye ivyemezo vy'ubwoko bwose abantu b'abanyabwenge bibuka bakikebuka;

وَهَٰذَا صِرَٰطُ رَبِّكَ مُسْتَقِيمًا ۗ قَدْ فَصَّلْنَا ٱلْءَايَٰتِ لِقَوْمٍ يَذَّكَّرُونَ ﴿١٢٦﴾

[1] Bakigovyora bati: "Kudafungura intumvyi, ni nko kudafungura ivyishwe n'Imana Allah mu gihe mubikereye kw'Izina ryayo".

127. Bafise icumbi ry'iteka n'itekane mu Bwami bw'ijuru batege-kanirijwe n'Imana yabo Rurema Allah ku musi w'izuka, ni na Yo Muhagarikizi Ikaba n'Umutabazi wabo ku vyiza bahora bakora.

۞لَهُمْ دَارُ ٱلسَّلَٰمِ عِندَ رَبِّهِمْ ۖ وَهُوَ وَلِيُّهُم بِمَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١٢٧﴾

128. Ntumwa y'Imana! Ibuka ibizoshika ku musi w'izuka, umusi Imana Allah Yegeranirije hamwe abagarariji n'abahagarikizi babo mu mashetani, Igaca Ibabwira Iti: "Emwe mashetani mu majini! Ni ukuri mwarahubishije benshi mu bantu gushika n'aho babakurikira", maze abayakurikiye mu bantu na bo bakavuga biregura bati: "Mana yacu Rurema Allah! Bamwe bose muri twebwe baragize ico biyunguye ku bandi, gushika ikiringo cacu ca nyuma Watugeneye kubaho kw'isi giheze". Imana Allah Izoheza Ibishure Iti: "Umuriro, ni bwo buraro n'uburamuko bwanyu mwese, kiretse uwo Imana Allah Ishatse ko atazoherayo mu bigaba vy'abemeramana". Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni Intungane mu vyo Ikora, Nyenubumenyikurivyose, Irazi indishi ikwiye umwe wese mu biremwa.

وَيَوْمَ يَحْشُرُهُمْ جَمِيعًا يَٰمَعْشَرَ ٱلْجِنِّ قَدِ ٱسْتَكْثَرْتُم مِّنَ ٱلْإِنسِ ۖ وَقَالَ أَوْلِيَآؤُهُم مِّنَ ٱلْإِنسِ رَبَّنَا ٱسْتَمْتَعَ بَعْضُنَا بِبَعْضٍ وَبَلَغْنَآ أَجَلَنَا ٱلَّذِىٓ أَجَّلْتَ لَنَا ۚ قَالَ ٱلنَّارُ مَثْوَىٰكُمْ خَٰلِدِينَ فِيهَآ إِلَّا مَا شَآءَ ٱللَّهُ ۚ إِنَّ رَبَّكَ حَكِيمٌ عَلِيمٌ ﴿١٢٨﴾

129. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Dutuma amashetani ashobora kugota abagarariji mu bantu ku bugaba bwabo - Dutuma abirenganya mu kugabitanya ku Mana Allah bashobora kugota bamwe muri bo, bitewe n'ivyaha vy'ivyo bari bararondeye kw'isi;

وَكَذَٰلِكَ نُوَلِّى بَعْضَ ٱلظَّٰلِمِينَ بَعْضًۢا بِمَا كَانُوا۟ يَكْسِبُونَ ﴿١٢٩﴾

130. Bazobwirwa bati: "Emwe bagarariji mu majini no mu bantu! Ntimwashikiriwe n'Intumwa zarungitswe muri mwebwe abantu[1], zikabiganira Aayah zanje zibatomorera amabwirizwa yanje, zikanabagabisha ku bihano vy'umusi w'izuka ryanyu?". Abagarariji bazoca bishura bati: "Ego cane! Turavyemanga ko Intumwa zawe zadushikirije Aayah zawe, zikanatugabisha ku bihano vy'umusi w'izuka ryacu, maze turazihakana twivuye inyuma". Bahenzwe rero n'ubuzima bw'ibihendamaso vyo kw'isi, bazoheza kandi rero bemange ubwabo ko bari abagarariji, batemera Imana Allah n'Intumwa zayo.

يَٰمَعْشَرَ ٱلْجِنِّ وَٱلْإِنسِ أَلَمْ يَأْتِكُمْ رُسُلٌ مِّنكُمْ يَقُصُّونَ عَلَيْكُمْ ءَايَٰتِى وَيُنذِرُونَكُمْ لِقَآءَ يَوْمِكُمْ هَٰذَا ۚ قَالُوا۟ شَهِدْنَا عَلَىٰٓ أَنفُسِنَا ۖ وَغَرَّتْهُمُ ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَا وَشَهِدُوا۟ عَلَىٰٓ أَنفُسِهِمْ أَنَّهُمْ كَانُوا۟ كَٰفِرِينَ ﴿١٣٠﴾

131. Irungikwa ry'Intumwa zibangikanije Igitabu ku bantu n'amajini rero, ryabaye kuko Imana yawe Rurema Allah Itari guhana mu guhonya abantu Ibahora ubuhakanyi bwabo, kandi batigeze bashikirwa n'Intumwa zibakura mu bubegito bwabo.

ذَٰلِكَ أَن لَّمْ يَكُن رَّبُّكَ مُهْلِكَ ٱلْقُرَىٰ بِظُلْمٍ وَأَهْلُهَا غَٰفِلُونَ ﴿١٣١﴾

132. Uwo wese rero yumviye canke ahakanye Imana Allah, arafise urugero rw'aho ageza mu vyo akora, maze Imana Allah Ikazobimuhembera. Ntumwa y'Imana! Burya

وَلِكُلٍّ دَرَجَٰتٌ مِّمَّا عَمِلُوا۟ ۚ وَمَا رَبُّكَ بِغَٰفِلٍ عَمَّا يَعْمَلُونَ ﴿١٣٢﴾

[1] Insiguro yumvikana muri iyi Aayah, ni uko Intumwa zarungitswe ku bantu no ku majini, zikomoka mu bantu.

rero kandi Imana yawe Rurema Allah ntiyirengagiza ibigirwa n'abaja bayo.

وَرَبُّكَ ٱلْغَنِىُّ ذُو ٱلرَّحْمَةِ ۚ إِن يَشَأْ يُذْهِبْكُمْ وَيَسْتَخْلِفْ مِنۢ بَعْدِكُم مَّا يَشَآءُ كَمَآ أَنشَأَكُم مِّن ذُرِّيَّةِ قَوْمٍ ءَاخَرِينَ ﴿١٣٣﴾

133. Imana yawe Rurema Allah Yabwirije ko Yosengwa, ni Yo Uwikenuye Yikwije muri vyose, ni Yo nkomoko y'impuhwe ku biremwa. Bantu! Ishatse rero Yobahonya Ikabasubiriza ibindi biremwa Ishaka bigaheza bikayumvira; nka kurya Yabaremye mugaheza mukarondoka mukomotse ku bandi bantu.

إِنَّ مَا تُوعَدُونَ لَءَاتٍ ۙ وَمَآ أَنتُم بِمُعْجِزِينَ ﴿١٣٤﴾

134. Babangikanyamana! Mu vy'ukuri, ivyo musezeranirwa mu bihano, ni ukuri bizobashikira, kandi rero ntimuzonanira Imana Allah ngo muyihunge, kuko Irashoboye kubagarukana Ikabazura n'aho mwoba mwaracitse ivu.

قُلْ يَٰقَوْمِ ٱعْمَلُوا۟ عَلَىٰ مَكَانَتِكُمْ إِنِّى عَامِلٌ ۖ فَسَوْفَ تَعْلَمُونَ مَن تَكُونُ لَهُۥ عَٰقِبَةُ ٱلدَّارِ ۚ إِنَّهُۥ لَا يُفْلِحُ ٱلظَّٰلِمُونَ ﴿١٣٥﴾

135. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Emwe bantu banje narungitsweko! Nimugume ku vyo mwemera, mukore nk'uko muvyipfuza, jewe na nje mpeze ngume ku vyo nemera nk'uko nategetswe n'Imana yanje Allah, igihe ibihano vyashitse, muzoheza mumenye uwuzogira amaherezo meza kw'isi. Mu vy'ukuri, abirenganya mu kubangikanya Imana Allah, ntibazokwigera baronka intsinzi y'Ubwami bw'ijuru.

وَجَعَلُوا۟ لِلَّهِ مِمَّا ذَرَأَ مِنَ ٱلْحَرْثِ وَٱلْأَنْعَٰمِ نَصِيبًا فَقَالُوا۟ هَٰذَا لِلَّهِ بِزَعْمِهِمْ وَهَٰذَا لِشُرَكَآئِنَا ۖ فَمَا كَانَ لِشُرَكَآئِهِمْ فَلَا يَصِلُ إِلَى ٱللَّهِ ۖ وَمَا كَانَ لِلَّهِ فَهُوَ يَصِلُ إِلَىٰ شُرَكَآئِهِمْ ۗ سَآءَ مَا يَحْكُمُونَ ﴿١٣٦﴾

136. Ababangikanyamana bageneye Imana Allah umugabane mu vyo Yaremye mu biterwa, mu vyamwa no mu bitungwa, ari na wo baherezako abakene bakanazimanako n'abashitsi, baraheza bavuga bati: "Umugabane w'ibi, ni uw'Imana Allah - ku vyipfuzo vyabo - umugabane wundi na wo, ni uw'abahagarariye ibigirwamana vyacu". Ivyo bageneye abahagarikizi b'ibigirwamana vyabo rero, nta na kimwe muri vyo gishikira Imana Allah [1]; mu gihe ivyo bageneye Imana Allah, biheza bigahabwa abahagarikizi b'ibigirwamana vyabo; kuko ngo Imana Allah Irikenuye. Ni mbi cane ingingo y'igabura ryabo!

وَكَذَٰلِكَ زَيَّنَ لِكَثِيرٍ مِّنَ ٱلْمُشْرِكِينَ قَتْلَ أَوْلَٰدِهِمْ شُرَكَآؤُهُمْ لِيُرْدُوهُمْ وَلِيَلْبِسُوا۟ عَلَيْهِمْ دِينَهُمْ ۖ وَلَوْ شَآءَ ٱللَّهُ مَا فَعَلُوهُ ۖ فَذَرْهُمْ وَمَا يَفْتَرُونَ ﴿١٣٧﴾

137. Ni nk'uko nyene rero shetani - yoheje ababangikanyamana kugena umugabane w'Imana Allah n'uw'ibigirwamana - yaryohereje benshi mu babangikanyamana kwica abana babo ku mvo zo gutinya ubukene, kugira bagwe mu bihano bihonya vyo kwica kiremwa-muntu ku karenganyo, no kugira bazazanirwe mw'idini ryabo, baheze bahube. Iyo Imana Allah Ishaka rero ko bitaba, ntibari kuzazanirwa namba mw'idini ryabo, kuko Izi mu vyagezwe ububegito bwabo. Ntumwa

[1] Ngo gitangweko imperezwa canke ngo gihabwe abakene, ahubwo gihabwa ibigirwamana biciye ku babihagarikiye.

y'Imana! Bareke rero n'ivyo barementanya, Imana Allah Izorubacira.

138. Ababangikanyamana baranavuze bati: "Ibi bitungwa n'ibiterwa twageneye ibigirwamana birakingiwe, nta wurekuriwe kuvyikorako kiretse uwo dushaka mu babihagarariye, no mu bandi. Ivyo rero babivuga ku vyipfuzo vyabo. Hanyuma bati: "Izi ngamiya na zo kirazira kuzurira canke kuzihekako ikintu na kimwe". Hakaba rero n'izindi ngamiya mu kuzikoresha ikintu ico ari co cose, batigera baninahaza Imana Allah. Ivyo vyose rero, babikora mu kurementaniriza Imana Allah. Imana Allah rero, Izobahembera ivyo bahora bayirementaniriza.

وَقَالُواْ هَٰذِهِۦٓ أَنۡعَٰمٞ وَحَرۡثٌ حِجۡرٞ لَّا يَطۡعَمُهَآ إِلَّا مَن نَّشَآءُ بِزَعۡمِهِمۡ وَأَنۡعَٰمٌ حُرِّمَتۡ ظُهُورُهَا وَأَنۡعَٰمٞ لَّا يَذۡكُرُونَ ٱسۡمَ ٱللَّهِ عَلَيۡهَا ٱفۡتِرَآءً عَلَيۡهِۚ سَيَجۡزِيهِم بِمَا كَانُواْ يَفۡتَرُونَ ١٣٨

139. Baranavuze kandi bati: "Ibitungwa bifise amezi biramutse bivyaye imyagazi ikomeye, iyo myagazi izoba igenewe gusa abagabo muri twebwe, izoba iziririjwe ku bagore bacu"; mu gihe iyo myagazi ivyawe yapfuye, baraheza bakayisangira. Imana Allah Izobahembera rero iryo zirura n'iziririza ritigeze rigirwa na Yo. Mu vy'ukuri, ni Yo Ntungane mu vyo Ikora, Nyenubumenyikurivyose, Irazi indishi ikwiye umwe wese mu biremwa.

وَقَالُواْ مَا فِي بُطُونِ هَٰذِهِ ٱلۡأَنۡعَٰمِ خَالِصَةٞ لِّذُكُورِنَا وَمُحَرَّمٌ عَلَىٰٓ أَزۡوَٰجِنَاۖ وَإِن يَكُن مَّيۡتَةٗ فَهُمۡ فِيهِ شُرَكَآءُۚ سَيَجۡزِيهِمۡ وَصۡفَهُمۡۚ إِنَّهُۥ حَكِيمٌ عَلِيمٞ ١٣٩

140. Ni ukuri, abishe abana babo kw'ikehabwenge no ku kutamenya bakanaziririza ivyo baronkejwe n'Imana Allah mu kuyirementaniriza[1], bari mu ruhombo rw'agahebuza. Ni ukuri, barahuvye inzira y'ukuri, kira noneho ntibari no mu bagororotsi.

قَدۡ خَسِرَ ٱلَّذِينَ قَتَلُوٓاْ أَوۡلَٰدَهُمۡ سَفَهَۢا بِغَيۡرِ عِلۡمٖ وَحَرَّمُواْ مَا رَزَقَهُمُ ٱللَّهُ ٱفۡتِرَآءً عَلَى ٱللَّهِۚ قَدۡ ضَلُّواْ وَمَا كَانُواْ مُهۡتَدِينَ ١٤٠

141. Imana Allah ni Yo Yaremye amashamba, muri yo hari ay'ibirandaranda hejuru bikaba nk'igisenge; nka kurya kw'imizabibu; hakaba n'ay'ibitarandaranda hasi bihagaze ku gitumbatumba nk'ibiti vy'itende, n'ibindi biterwa bifise akanovera gatandukanye; hari n'imizayituni n'imikomamanga, usanga amababi yavyo asa, ariko bitandukanye mu ndemo, ibara n'akanovera k'ivyamwa. Bantu! Nimufungure rero ivyamwa vyavyo igihe vyamye, muheze munatange ishikanwa-bwirizwa ryavyo ku musi wo kwamura canke wo gusoroma; kandi rero ntimuzosesagure mu kurenza urugero rw'ibitangwa mw'ishikanwa-bwirizwa canke mu gufungura, n'ibindi. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntikunda abasesagura mu gutanga amatungo mu bidakenewe.

وَهُوَ ٱلَّذِيٓ أَنشَأَ جَنَّٰتٖ مَّعۡرُوشَٰتٖ وَغَيۡرَ مَعۡرُوشَٰتٖ وَٱلنَّخۡلَ وَٱلزَّرۡعَ مُخۡتَلِفًا أُكُلُهُۥ وَٱلزَّيۡتُونَ وَٱلرُّمَّانَ مُتَشَٰبِهٗا وَغَيۡرَ مُتَشَٰبِهٖۚ كُلُواْ مِن ثَمَرِهِۦٓ إِذَآ أَثۡمَرَ وَءَاتُواْ حَقَّهُۥ يَوۡمَ حَصَادِهِۦۖ وَلَا تُسۡرِفُوٓاْۚ إِنَّهُۥ لَا يُحِبُّ ٱلۡمُسۡرِفِينَ ١٤١

142. Imana Allah Yaremye no mu bitungwa ibishobora kwikorera; nk'ingamiya, n'ibindi bidashoboye kwikorera; nk'inka n'intungwa. Muraheza rero mufungure mu vyo

وَمِنَ ٱلۡأَنۡعَٰمِ حَمُولَةٗ وَفَرۡشٗاۚ كُلُواْ مِمَّا رَزَقَكُمُ ٱللَّهُ وَلَا تَتَّبِعُواْ خُطُوَٰتِ

[1] Ukuzirura no kuziririza, biri mu bintu vyega gusa Imana Allah. Ikiziruye, ni icaziruwe n'Imana Allah, ikizira na co ni icaziririjwe n'Imana Allah. Nta n'umwe rero mu biremwa, arekuriwe gushingira ibiremwa amateka mu buryo butarekuwe n'Imana Allah.

mwaronkejwe n'Imana Allah muri ivyo bitungwa, ntimuzohirahire ngo mukurikire inzira za shetani zo kuziririza ivyaziruwe n'Imana Allah. Mu vy'ukuri, shetani ni umwansi wanyu agaragara;

ٱلشَّيۡطَٰنِۚ إِنَّهُۥ لَكُمۡ عَدُوّٞ مُّبِينٞ ١٤٢

143. Ivyo bitungwa rero biri mu moko umunani, hari ane mu ntungwa; impfizi y'intama n'intamakazi, impfizi y'impene n'impenekazi. Ntumwa y'Imana! Baza ababangikanyamana uti: "None Imana Allah Yaziririje gusa impfizi z'intungwa?". Nibakwishura bati: "Ego cane!", bazoba babesha kuko ntibaziririza impfizi y'intungwa iyo ari yo yose. Babaze kandi uti: "Canke Imana Allah Yaziririje gusa intamakazi n'impenekazi?". Nibakwishura bati: "Ego cane!", bazoba babesha kuko ntibaziririza intamakazi n'impenekazi izo ari zo zose. Ongera ubabaze kandi uti: "Canke Imana Allah Yaziririje umwagazi ukiri mu nda y'intama n'uwuri mu nda y'impene?". Nibakwishura bati: "Ego cane!", bazoba babesha kuko ntibaziririza umwagazi uwo ari wo wose ukiri mu nda ya nyina. Babwire rero uti: "Nimunyishure mwisunze ubumenyi bwemeza ukuri ku vyo muvuga nimwaba muri imvugakuri!".

ثَمَٰنِيَةَ أَزۡوَٰجٖۖ مِّنَ ٱلضَّأۡنِ ٱثۡنَيۡنِ وَمِنَ ٱلۡمَعۡزِ ٱثۡنَيۡنِۗ قُلۡ ءَآلذَّكَرَيۡنِ حَرَّمَ أَمِ ٱلۡأُنثَيَيۡنِ أَمَّا ٱشۡتَمَلَتۡ عَلَيۡهِ أَرۡحَامُ ٱلۡأُنثَيَيۡنِۖ نَبِّـُٔونِي بِعِلۡمٍ إِن كُنتُمۡ صَٰدِقِينَ ١٤٣

144. Ayandi moko ane mu bitungwa, ni impfizi y'ingamiya n'imvyeyi yayo, impfizi y'inka n'imvyeyi yayo. Ntumwa y'Imana! Baza ababangikanyamana uti: "None Imana Allah Yaziririje impfizi y'ingamiya n'impfizi y'inka, canke imvyeyi y'ingamiya n'imvyeyi y'inka? Canke Yaziririje inyana ikiri mu nda y'ingamiya canke iyiri mu nda y'inka? Canke mwoba ari ho mwari muri, igihe Imana Allah Yabaha ibwirizwa ry'iri ziririzwa ry'ibitungwa!". Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah; kugira ahubishe abantu inzira y'ukuri ku bujuju bwo kutamenya. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntishoboza gutumbera inzira igororotse abantu birenganya mu kurenga ku mabwirizwa yayo.

وَمِنَ ٱلۡإِبِلِ ٱثۡنَيۡنِ وَمِنَ ٱلۡبَقَرِ ٱثۡنَيۡنِۗ قُلۡ ءَآلذَّكَرَيۡنِ حَرَّمَ أَمِ ٱلۡأُنثَيَيۡنِ أَمَّا ٱشۡتَمَلَتۡ عَلَيۡهِ أَرۡحَامُ ٱلۡأُنثَيَيۡنِۖ أَمۡ كُنتُمۡ شُهَدَآءَ إِذۡ وَصَّىٰكُمُ ٱللَّهُ بِهَٰذَاۚ فَمَنۡ أَظۡلَمُ مِمَّنِ ٱفۡتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبٗا لِّيُضِلَّ ٱلنَّاسَ بِغَيۡرِ عِلۡمٍۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَهۡدِي ٱلۡقَوۡمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ١٤٤

145. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Nta kintu nsanga kiri mu vyo nahishuriwe kizira gufungura mu vyo muziririza mu bitungwa, kiretse mu gihe coba ari intumvyi, ari ikiremve[1], ari inyama y'ingurube isanzwe mu vy'ukuri ihumanye, canke kikaba ari icakerewe ku bw'ikitari Imana Allah[2]. Uwo bizoba ngombwa rero ko afungura kuri ivyo biziririjwe mu gihe ageramiwe n'inzara, atari ku mvo zo kuryoherwa canke kurenza urugero rwo kwivuna inzara, mu vy'ukuri

قُل لَّآ أَجِدُ فِي مَآ أُوحِيَ إِلَيَّ مُحَرَّمًا عَلَىٰ طَاعِمٖ يَطۡعَمُهُۥٓ إِلَّآ أَن يَكُونَ مَيۡتَةً أَوۡ دَمٗا مَّسۡفُوحًا أَوۡ لَحۡمَ خِنزِيرٖ فَإِنَّهُۥ رِجۡسٌ أَوۡ فِسۡقًا أُهِلَّ لِغَيۡرِ ٱللَّهِ بِهِۦۚ فَمَنِ ٱضۡطُرَّ غَيۡرَ بَاغٖ وَلَا عَادٖ فَإِنَّ رَبَّكَ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ١٤٥

[1] Ubuseri.
[2] Canke icakerewe hatabanje kuvugwa izina ry'Imana Allah.

Imana Allah ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Izomubabarira, Nyenimbabazi ku batoni bayo[1]".

وَعَلَى ٱلَّذِينَ هَادُواْ حَرَّمْنَا كُلَّ ذِى ظُفُرٍ ۖ وَمِنَ ٱلْبَقَرِ وَٱلْغَنَمِ حَرَّمْنَا عَلَيْهِمْ شُحُومَهُمَآ إِلَّا مَا حَمَلَتْ ظُهُورُهُمَآ أَوِ ٱلْحَوَايَآ أَوْ مَا ٱخْتَلَطَ بِعَظْمٍ ۚ ذَٰلِكَ جَزَيْنَٰهُم بِبَغْيِهِمْ ۖ وَإِنَّا لَصَٰدِقُونَ ﴿١٤٦﴾

146. Twebwe Allah Twaranaziririje ku bayahudi, gufungura inyama z'ibikoko bifise ibinono bidasatuye hamwe n'iz'inyoni[2]. Twaraziririje kandi n'ibinure vy'inka n'ivy'intungwa, kiretse ibinure bisigara ku nyama canke ku mara yavyo, canke ibiri mw'igufa. Iryo ziririza rero, Twaribwirije abayahudi ku kubahanira ivyaha vyabo. Kandi mu vy'ukuri, Twebwe Allah Tuvugisha ukuri ku ngingo Twabahaye.

فَإِن كَذَّبُوكَ فَقُل رَّبُّكُمْ ذُو رَحْمَةٍ وَٰسِعَةٍ ۖ وَلَا يُرَدُّ بَأْسُهُۥ عَنِ ٱلْقَوْمِ ٱلْمُجْرِمِينَ ﴿١٤٧﴾

147. Ababangikanyamana b'abayahudi, nibaramuka baguhakanye mu vyo ushikiriza, urababwira uti: "Imana yanyu Rurema Allah, ni Nyenimpuhwe-ntangere kuko Itihutiye kubahana. Ibihano vyayo na vyo iyo bishitse, nta kibuza inkozi z'ikibi guhanwa[3]".

سَيَقُولُ ٱلَّذِينَ أَشْرَكُواْ لَوْ شَآءَ ٱللَّهُ مَآ أَشْرَكْنَا وَلَآ ءَابَآؤُنَا وَلَا حَرَّمْنَا مِن شَىْءٍ ۚ كَذَٰلِكَ كَذَّبَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ حَتَّىٰ ذَاقُواْ بَأْسَنَا ۗ قُلْ هَلْ عِندَكُم مِّنْ عِلْمٍ فَتُخْرِجُوهُ لَنَآ ۖ إِن تَتَّبِعُونَ إِلَّا ٱلظَّنَّ وَإِنْ أَنتُمْ إِلَّا تَخْرُصُونَ ﴿١٤٨﴾

148. Ababangikanije Imana Allah biregura bati: "Iyo Imana Allah Ishaka ntitwari kuyibangikanya, eka n'abavyeyi bacu ntibari kuyibangikanya, ntitwari no kuziririza ikintu na kimwe mu vyo Yaziruye". Ni nk'ico cireguzo nyene abagarariji bo hambere yabo bitwaje, bashoka bahakana Intumwa, baranashishikara guhakana kugera aho bahonjeye ibihano vyacu Twebwe Allah. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mbega mwoba mufise ubumenyi nya bwo ku vyo muziririza no ku vyo muvuga, mugaheza mukatugaragariza icemezo cavyo! Kira noneho, ntimukurikira mw'idini kiretse ivyo mukekeranya, nta n'ico muzi kiretse ugukekeranya gusa".

قُلْ فَلِلَّهِ ٱلْحُجَّةُ ٱلْبَٰلِغَةُ ۖ فَلَوْ شَآءَ لَهَدَىٰكُمْ أَجْمَعِينَ ﴿١٤٩﴾

149. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Burya Imana Allah Irafise icemezo gitandukanya ukuri n'ikinyoma mu kurungika Intumwa no mu gushinga amateka. Iyo rero Ishaka, ni ukuri Yari kubashoboza mwese kuba abagororotsi, Ikabima ishaka ryo kwihitiramwo".

قُلْ هَلُمَّ شُهَدَآءَكُمُ ٱلَّذِينَ يَشْهَدُونَ أَنَّ ٱللَّهَ حَرَّمَ هَٰذَا ۖ فَإِن شَهِدُواْ فَلَا تَشْهَدْ مَعَهُمْ ۚ وَلَا تَتَّبِعْ أَهْوَآءَ ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا وَٱلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ بِٱلْءَاخِرَةِ وَهُم بِرَبِّهِمْ يَعْدِلُونَ ﴿١٥٠﴾

150. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Nimuzane rero ivyabona vyanyu vyemeza ko Imana Allah Yaziririje ivyo muziririza mu biterwa no mu bitungwa!". Nibavyemeza mw'irementanya, ntuzohirahire ngo ube icabona hamwe na bo mu kuvyemeza, kandi ntugakurikire ivyipfuzo vy'abahakanye Aayah zacu Twebwe Allah mu kuziririza, canke mu kuzirura ivyaziririjwe n'Imana Allah, ntukanakurikire n'abatemera ubuzima bw'inyuma yo

[1] Hongerwako ivyaziririjwe mu nyigisho z'intumwa, na vyo ni igihiga kigafatisha amenyo mu bikoko, igihiga kigafatisha ivyara mu nyoni, indogobwe z'inyororano hamwe n'imbwa.

[2] Nk'ingamiya, canke imbata, canke ubwoko bw'inyoni nini idashobora kuguruka, yitwa mu carabu "Na'aama", mu giswahili "Mbuni", mu gifaransa ikitwa "Autruche".

[3] Iyi Aayah irahigira abahakana bivuye inyuma Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko bazohanwa.

gupfa, batanabwitegurira, n'abirengagiza Imana yabo Rurema Allah bakayibangikanya n'ibiremwa.

۞قُلْ تَعَالَوْاْ أَتْلُ مَا حَرَّمَ رَبُّكُمْ عَلَيْكُمْۖ أَلَّا تُشْرِكُواْ بِهِۦ شَيْـًٔاۖ وَبِٱلْوَٰلِدَيْنِ إِحْسَٰنًاۖ وَلَا تَقْتُلُوٓاْ أَوْلَٰدَكُم مِّنْ إِمْلَٰقٍ نَّحْنُ نَرْزُقُكُمْ وَإِيَّاهُمْۖ وَلَا تَقْرَبُواْ ٱلْفَوَٰحِشَ مَا ظَهَرَ مِنْهَا وَمَا بَطَنَۖ وَلَا تَقْتُلُواْ ٱلنَّفْسَ ٱلَّتِى حَرَّمَ ٱللَّهُ إِلَّا بِٱلْحَقِّۚ ذَٰلِكُمْ وَصَّىٰكُم بِهِۦ لَعَلَّكُمْ تَعْقِلُونَ ﴿١٥١﴾

151. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Nimuze rero ndabasomere ivyaziririjwe n'Imana yanyu Rurema Allah, ko mutoyibangikanya n'ikindi kintu mu biremwa; ko mwoba abagwaneza ku bavyeyi banyu mukababubahiriza mukanabasabira ku Mana Allah; ko mutokwica abana banyu bitewe n'ubukene, burya ni Twebwe Allah Tubaronsa ibibabeshaho mwebwe hamwe na bo; ko mutokwegera ivyaha rutura mugaheza mukavavanura na vyo, Ibikorerwa ku mugaragaro muri vyo n'ibikorerwa mu mpisho; ko mutokwica umuntu Imana Allah Yaziririje ko yicwa kiretse mu gihe hubahirijwe ukuri [1]. Ivyo mudondaguriwe rero, ni vyo Imana Allah Yababujije, Ibaha n'iragi ryo kutabikora kugira mube abanyabwenge, mutahure amabwirizwa yayo;

وَلَا تَقْرَبُواْ مَالَ ٱلْيَتِيمِ إِلَّا بِٱلَّتِى هِىَ أَحْسَنُ حَتَّىٰ يَبْلُغَ أَشُدَّهُۥۚ وَأَوْفُواْ ٱلْكَيْلَ وَٱلْمِيزَانَ بِٱلْقِسْطِۖ لَا نُكَلِّفُ نَفْسًا إِلَّا وُسْعَهَاۖ وَإِذَا قُلْتُمْ فَٱعْدِلُواْ وَلَوْ كَانَ ذَا قُرْبَىٰۖ وَبِعَهْدِ ٱللَّهِ أَوْفُواْۚ ذَٰلِكُمْ وَصَّىٰكُم بِهِۦ لَعَلَّكُمْ تَذَكَّرُونَ ﴿١٥٢﴾

152. Ntimukegere n'amatungo y'impfuvyi muhagarariye ngo muyakoreshe, kiretse mu kuyiyatunganiriza gushika igere mu bigero, ishobore kuyitunganiriza. Ba mukwiza ingero n'umunzane mu buryo butunganye[2]. Nimwitwararika rero gukwiza ingero n'umunzane uko mushoboye, bizoba bikwiye, Twebwe Allah ntidutegeka umuntu gukora kiretse ivyo ashoboye. Nimwaramuka muvuze, na ho nyene muritwararika kuba intungane mu vyo muvuga[3] n'aho mwobera ivyabona abavandimwe banyu, kandi n'isezerano Imana Allah Yabahaye ryo kwubahiriza amabwirizwa yayo, muraryubahiriza. Izo ngingo mudondaguriwe rero, ni ryo ragi ry'Imana Allah Yabahaye kugira mwikebuke, muheze mwibuke ingaruka z'ubuhakanyi bwanyu;

وَأَنَّ هَٰذَا صِرَٰطِى مُسْتَقِيمًا فَٱتَّبِعُوهُۖ وَلَا تَتَّبِعُواْ ٱلسُّبُلَ فَتَفَرَّقَ بِكُمْ عَن سَبِيلِهِۦۚ ذَٰلِكُمْ وَصَّىٰكُم بِهِۦ لَعَلَّكُمْ تَتَّقُونَ ﴿١٥٣﴾

153. Biri mw'iryo ragi nyene Imana Allah Yabahaye, ko ubwislamu ari yo nzira yayo igororotse, ikaba ari na yo nzira yanje nategetswe gukurikira, nimuyikurikire rero, kandi ntimuzohirahire ngo mukurikire inzira z'ubuhuvyi bwa shetani ngo zibateshe inzira y'Imana Allah. Ukwo gukurikira iyo nzira igororotse rero, ni ryo ragi ry'Imana Allah Yabahaye kugira muyitinye mu kwubahiriza amabwirizwa yayo".

ثُمَّ ءَاتَيْنَا مُوسَى ٱلْكِتَٰبَ تَمَامًا عَلَى ٱلَّذِىٓ أَحْسَنَ وَتَفْصِيلًا لِّكُلِّ شَىْءٍ وَهُدًى

154. Ntumwa y'Imana! Babwire kandi ko ari Twebwe Allah Twanahaye Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Igitabu ca Tawurati, mu ntumbero yo gukwiriza

[1] Mu kwica uwishe, uwasambanye yari yubatse urwiwe canke uwutaye idini ry'ubwislamu akarivamwo.
[2] Ata co murengejeko ata n'ico mugabanijeko.
[3] Mu gushikiriza inkuru, ingingo canke kuvugira umuntu no mu kuba ivyabona.

وَرَحْمَةً لَّعَلَّهُم بِلِقَآءِ رَبِّهِمْ يُؤْمِنُونَ ﴿١٥٤﴾

abagwaneza mu bantu yarungitsweko inema zacu, no mu gutomora ingingo y'ikintu ico ari co cose mu vyerekeye idini ryabo, no kugira rero nya Gitabu kibabere inzira y'ubugororotsi n'impuhwe, baheze bemere ko hari izuka ry'ibiremwa, banaryitegurire.

وَهَٰذَا كِتَٰبٌ أَنزَلْنَٰهُ مُبَارَكٌ فَٱتَّبِعُوهُ وَٱتَّقُواْ لَعَلَّكُمْ تُرْحَمُونَ ﴿١٥٥﴾

155. N'iyi Qor'ani rero, ni Igitabu gihezagiye Twamanuriye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Enda rero nimugikurikire mu kwubahiriza amabwirizwa yaco, muniyubare kuyarengako kugira mugire impuhwe z'Imana Allah.

أَن تَقُولُوٓاْ إِنَّمَآ أُنزِلَ ٱلْكِتَٰبُ عَلَىٰ طَآئِفَتَيْنِ مِن قَبْلِنَا وَإِن كُنَّا عَن دِرَاسَتِهِمْ لَغَٰفِلِينَ ﴿١٥٦﴾

156. Bagarariji mu Barabu! Twamanuye Qor'ani kugira ntimuzovuge mwiregura muti: "Emwe! Mu vy'ukuri abamanuriwe Ibitabu, ni imigwi ibiri y'abayahudi n'abanaswara y'aho hambere yacu, kandi nta n'ubumenyi bwo kubitahura twari dufise";

أَوْ تَقُولُواْ لَوْ أَنَّآ أُنزِلَ عَلَيْنَا ٱلْكِتَٰبُ لَكُنَّآ أَهْدَىٰ مِنْهُمْ ۚ فَقَدْ جَآءَكُم بَيِّنَةٌ مِّن رَّبِّكُمْ وَهُدًى وَرَحْمَةٌ ۚ فَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّن كَذَّبَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَصَدَفَ عَنْهَا ۗ سَنَجْزِى ٱلَّذِينَ يَصْدِفُونَ عَنْ ءَايَٰتِنَا سُوٓءَ ٱلْعَذَابِ بِمَا كَانُواْ يَصْدِفُونَ ﴿١٥٧﴾

157. No kugira rero ntimuzovuge mwiyeza muti: "Iyo tuja kumanurirwa Igitabu, ni ukuri twari kuba abagororotsi kurusha abayahudi n'abanaswara". Bantu rero mwarungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)! Ni ukuri mwaramaze gushikirwa na Qor'ani, ari na co cemezo kivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, ikaba n'uburongozi n'impuhwe kuri mwebwe. Nta n'umwe rero arenganya akimonogoza gusumba uwahakanye yivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah akanavyirengagiza. Twebwe Allah, Tuzoha abirengagije Aayah n'ivyemezo vyacu ibihano ruhasha, bitewe n'ukuntu bahora bavyirengagiza bakanaburagiza abantu gukurikira inzira yacu.

هَلْ يَنظُرُونَ إِلَّآ أَن تَأْتِيَهُمُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ أَوْ يَأْتِىَ رَبُّكَ أَوْ يَأْتِىَ بَعْضُ ءَايَٰتِ رَبِّكَ ۗ يَوْمَ يَأْتِى بَعْضُ ءَايَٰتِ رَبِّكَ لَا يَنفَعُ نَفْسًا إِيمَٰنُهَا لَمْ تَكُنْ ءَامَنَتْ مِن قَبْلُ أَوْ كَسَبَتْ فِىٓ إِيمَٰنِهَا خَيْرًا ۗ قُلِ ٱنتَظِرُوٓاْ إِنَّا مُنتَظِرُونَ ﴿١٥٨﴾

158. Abirengagiza Aayah n'ivyemezo vyacu bakanaburagiza abantu gukurikira inzira yacu, nta co barindiriye kugira bemere atari uko bashikirwa n'umumalayika ajejwe urupfu n'abafasha biwe ku musi wo gupfa; canke ko Imana Allah Iza Ikarubacira ku musi w'izuka; canke ko bashikirwa na bimwe mu bimenyetso vyerekana ko umuhero w'isi wageze[1]. Ico gihe kigeze, ukwemera kw'umuntu atigeze yemera imbere y'ico gihe, nta co kuzomumarira. Aramutse yemeye naho, ibikorwa vyiza atigeze akora imbere y'ico gihe, nta co bizomumarira. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Nimurindire rero ko ico gihe kibashikira kugira muheze mutandukanye ukuri n'ikinyoma, mumenye inkozi y'ikibi n'umugwaneza. Mu vy'ukuri, na twe nyene turarindiriye ico gihe".

[1] Nko guserukira izuba mu burengero bwaryo.

159. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, abacanyemwo mw'idini ryabo bakicamwo imigwimigwi, nta na kimwe ubabazwako. Bazoharurirwa n'Imana Allah, Iheze Ibabwire ido n'ido y'ivyo bari baragize kw'isi, Inahembe umwe wese ku rugero rw'ivyo yakoze.

إِنَّ ٱلَّذِينَ فَرَّقُواْ دِينَهُمۡ وَكَانُواْ شِيَعٗا لَّسۡتَ مِنۡهُمۡ فِي شَيۡءٍۚ إِنَّمَآ أَمۡرُهُمۡ إِلَى ٱللَّهِ ثُمَّ يُنَبِّئُهُم بِمَا كَانُواْ يَفۡعَلُونَ ١٥٩

160. Uwo wese rero azohura n'Imana Allah ku musi w'izuka yarakoze iciza, azoheza agihemberwe kigwijwe incuro cumi; nayo uwuzohura na Yo yarakoze ikibi, ntazohabwa kiretse igihano c'ikibi kimwe yakoze, abo bose rero nta na kimwe bazorenganywako.

مَن جَآءَ بِٱلۡحَسَنَةِ فَلَهُۥ عَشۡرُ أَمۡثَالِهَاۖ وَمَن جَآءَ بِٱلسَّيِّئَةِ فَلَا يُجۡزَىٰٓ إِلَّا مِثۡلَهَا وَهُمۡ لَا يُظۡلَمُونَ ١٦٠

161. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Jewe mu vy'ukuri, Imana yanje Rurema Allah Yarandongoye mu nzira igororotse igana mu Bwami bw'ijuru, ari ryo dini ry'ubwislamu ritomora ingingo zerekeye ubuzima bwo kw'isi n'ubw'inyuma yo gupfa, ni na ryo dini ry'Intumwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) rishingiye ku kwemera-ndemanwa, yasenga Imana Imwe Rudende Allah, kira noneho ntiyari no mu babangikanyamana".

قُلۡ إِنَّنِي هَدَىٰنِي رَبِّيٓ إِلَىٰ صِرَٰطٖ مُّسۡتَقِيمٖ دِينٗا قِيَمٗا مِّلَّةَ إِبۡرَٰهِيمَ حَنِيفٗاۚ وَمَا كَانَ مِنَ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ١٦١

162. Ntumwa y'Imana! Babwire kandi uti: "Mu vy'ukuri, isengesho ryanje, ikerera ryanje ry'ibitungwa[1], ubuzima bwanje no gupfa kwanje, vyose biba ku bw'Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;

قُلۡ إِنَّ صَلَاتِي وَنُسُكِي وَمَحۡيَايَ وَمَمَاتِي لِلَّهِ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٦٢

163. Iyo Mana Allah, ntibangikanywa n'ikintu na kimwe mu bumana bwayo, canke mu bushobozi n'ububasha bwayo bwo kurema, canke mu mazina no mu matazirano yayo. Ivyo, ni vyo biranga ukwemera nategetswe n'Imana yanje Allah, kandi ni jewe nabaye uwa mbere mu bantu narungitsweko yemanga ko Imana Allah ari Imwe Rudende.

لَا شَرِيكَ لَهُۥۖ وَبِذَٰلِكَ أُمِرۡتُ وَأَنَا۠ أَوَّلُ ٱلۡمُسۡلِمِينَ ١٦٣

164. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Hari ikitari Imana Allah nshaka ko coba imana yanje, kandi ari Yo Mana Rurema Ikaba n'Umubungabunzi w'ikintu cose! Nta muntu n'umwe akora icaha kiretse ko ari we nyene azogihanirwa ku gatwe kiwe, nta n'umuntu n'umwe azohanirwa icaha ca mugenziwe. Hanyuma ubwegeranirizo bwanyu ku musi w'izuka, ni ku Mana Allah, Izoheza Ibabwire ivyo mwahora muhazanako mw'idini".

قُلۡ أَغَيۡرَ ٱللَّهِ أَبۡغِي رَبّٗا وَهُوَ رَبُّ كُلِّ شَيۡءٖۚ وَلَا تَكۡسِبُ كُلُّ نَفۡسٍ إِلَّا عَلَيۡهَاۚ وَلَا تَزِرُ وَازِرَةٞ وِزۡرَ أُخۡرَىٰۚ ثُمَّ إِلَىٰ رَبِّكُم مَّرۡجِعُكُمۡ فَيُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمۡ فِيهِ تَخۡتَلِفُونَ ١٦٤

165. Imana Allah, ni Yo Yabaremye mukurakuranwa kw'isi, Ibashinga gutunganya ivy'isi mwubahirije amabwirizwa yayo, Iraheza Irabasumbasumbanya mu

وَهُوَ ٱلَّذِي جَعَلَكُمۡ خَلَٰٓئِفَ ٱلۡأَرۡضِ وَرَفَعَ بَعۡضَكُمۡ فَوۡقَ بَعۡضٖ دَرَجَٰتٖ

[1] Ikerera riba ku bw'Imana Allah no kw'izina ryayo, ntiryigera riba ku bw'ibigirwamana, ku bw'amajini canke ku bw'imizimu n'abaganza, ntiryigera riba no kw'izina rya kimwe muri vyo.

kubaronsa ibibabeshaho no mu kubaremana imirya, kugira Ibageragеze mu vyo Yabaronkeje. Mu vy'ukuri, Imana yawe Rurema Allah Iranyarutsa guhana abagarariza bagabitanya. Ni ukuri, ni na Yo Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

لَيَبْلُوَكُمْ فِى مَآ ءَاتَىٰكُمْ ۗ إِنَّ رَبَّكَ سَرِيعُ ٱلْعِقَابِ وَإِنَّهُۥ لَغَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿١٦٥﴾

7. Al-A'raaf (Uruzitiro rwo hagati y'umuriro n'Ubwami bw'ijuru), Aayah 206, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Alif laam Miim Swaad[1].

ٱلمٓصٓ ﴿١﴾

2. Ntumwa y'Imana! Iyi Qor'ani, ni Igitabu wahishuriwe. Ntukagire rero amakenga mu mushaha wawe ko wakimanuriwe n'Imana Allah; kugira ugabishe abagarariji wongere wibutse abemeramana.

كِتَٰبٌ أُنزِلَ إِلَيْكَ فَلَا يَكُن فِى صَدْرِكَ حَرَجٌ مِّنْهُ لِتُنذِرَ بِهِۦ وَذِكْرَىٰ لِلْمُؤْمِنِينَ ﴿٢﴾

3. Bantu! Nimukurikire ivyo mwamanuriwe n'Imana yanyu Rurema Allah, muheze mwubahirize amabwirizwa ari muri Qor'ani no mu nyigisho z'intumwa, ntimuzokurikire ikitari Imana Allah mu bahagarikizi nka shetani n'abandi batwarwa n'ivyipfuzo vyabo, ni gake rero mwibuka ngo mugaruke ku kuri.

ٱتَّبِعُوا۟ مَآ أُنزِلَ إِلَيْكُم مِّن رَّبِّكُمْ وَلَا تَتَّبِعُوا۟ مِن دُونِهِۦٓ أَوْلِيَآءَ ۗ قَلِيلًا مَّا تَذَكَّرُونَ ﴿٣﴾

4. Hari uducimbiri twinshi Twebwe Allah Twahoneje abatubamwo kubera uguhakana no guca kubiri n'Intumwa zacu, baraheza baruhira kumaramara kw'isi n'agasuzuguro mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Muri bo, hari abashikiwe n'ibihano vyacu mu gihe bari baryamye mw'ijoro, hari n'abo vyashikiye mu gihe bari bakitse urubavu baruhutse ku murango[2];

وَكَم مِّن قَرْيَةٍ أَهْلَكْنَٰهَا فَجَآءَهَا بَأْسُنَا بَيَٰتًا أَوْ هُمْ قَآئِلُونَ ﴿٤﴾

5. Nta co bavuze igihe bashikirwa n'ivyo bihano kiretse ukwemanga bati: "Mu vy'ukuri, twarirenganije mu gucumura, ibihano turabikwiye koko".

فَمَا كَانَ دَعْوَىٰهُمْ إِذْ جَآءَهُم بَأْسُنَآ إِلَّآ أَن قَالُوٓا۟ إِنَّا كُنَّا ظَٰلِمِينَ ﴿٥﴾

6. Kubera ivyo rero, ni ukuri Twebwe Allah Tuzobaza imigwi y'abarungikiwe Intumwa, ko yazitabiriye! Ni ukuri, Tuzobaza n'Intumwa nyene, ko zashikirije ubutumwa n'ukuntu zitabiriwe!

فَلَنَسْـَٔلَنَّ ٱلَّذِينَ أُرْسِلَ إِلَيْهِمْ وَلَنَسْـَٔلَنَّ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿٦﴾

7. Tuzoheza rero Tubwire ibiremwa ido n'ido y'ivyo bakoze, Twisunze ubumenyi Dufise ku vyo bakoze vyose mu kwubahiriza amabwirizwa yacu; kira noneho, ntitwigeze Tuba kure yabo mu bihe vyose;

فَلَنَقُصَّنَّ عَلَيْهِم بِعِلْمٍ ۖ وَمَا كُنَّا غَآئِبِينَ ﴿٧﴾

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.
[2] Imana Allah Yavuze canecane ibi bihe bibiri, igihe baryamye mw'ijoro n'igihe baruhutse ku murango, kuko ibihano bishikira umuntu muri ivyo bihe vyo gutururа no kuruhuka, bibabaza cane bigatera n'agahinda.

8. Ugupimwa kw'ibikorwa vy'ibiremwa ku musi w'izuka, kuzogirwa ku munzane w'ukuri utarenganya namba. Uwo wese rero ibikorwa vyiwe vyiza bizoremera ku munzane, azoba rero ari mu bantu baronse intsinzi y'Ubwami bw'ijuru;

وَٱلْوَزْنُ يَوْمَئِذٍ ٱلْحَقُّ ۚ فَمَن ثَقُلَتْ مَوَٰزِينُهُۥ فَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ﴿٨﴾

9. Nayo uwo ibikorwa vyiwe vyiza bizoba bihwahutse ku munzane, uyo rero azoba ari mu bantu bahomvye ubuzima bwabo ku kurenga ku mabwirizwa, no guhakana Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah.

وَمَنْ خَفَّتْ مَوَٰزِينُهُۥ فَأُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ خَسِرُوٓا۟ أَنفُسَهُم بِمَا كَانُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا يَظْلِمُونَ ﴿٩﴾

10. Bantu! Ni ukuri, Twarabatsimbataje kw'isi muraturura, Tubaha n'uburyo bwo kubaho mu mfungurwa n'ibinyobwa; hamwe n'ivyo rero, ni gake cane mushima inema z'Imana Allah.

وَلَقَدْ مَكَّنَّٰكُمْ فِى ٱلْأَرْضِ وَجَعَلْنَا لَكُمْ فِيهَا مَعَٰيِشَ ۗ قَلِيلًا مَّا تَشْكُرُونَ ﴿١٠﴾

11. Ni ukuri, Twarabaremeye inkomoko-muntu mu kurema so wanyu Adamu, Turaheza Tubaha n'ishusho ryiwe ryiza mu kurondoka, hanyuma Tubwiriza abamalayika Duti: "Nimwubamire Adamu mumuhe icubahiro kimukwiye", baraheza baragamburuka baramwubamira bose. Ariko Ibilisi[1] yari asanzwe ari kumwe na bo, ntiyari mu bubamiye Adamu ku kumusharika kuri ico cubahiro ahawe.

وَلَقَدْ خَلَقْنَٰكُمْ ثُمَّ صَوَّرْنَٰكُمْ ثُمَّ قُلْنَا لِلْمَلَٰٓئِكَةِ ٱسْجُدُوا۟ لِـَٔادَمَ فَسَجَدُوٓا۟ إِلَّآ إِبْلِيسَ لَمْ يَكُن مِّنَ ٱلسَّٰجِدِينَ ﴿١١﴾

12. Imana Allah Yarabajije Ibilisi Iti: "Ni igiki cagutumye utamwubamira kandi Nabigutegetse?". Ibilisi yarishuye ati: "Jewe ndi intore kumuruta kuko Wandemye mu rubeya, na we Umurema mw'ivu".

قَالَ مَا مَنَعَكَ أَلَّا تَسْجُدَ إِذْ أَمَرْتُكَ ۖ قَالَ أَنَا۠ خَيْرٌ مِّنْهُ خَلَقْتَنِى مِن نَّارٍ وَخَلَقْتَهُۥ مِن طِينٍ ﴿١٢﴾

13. Ni ho Imana Allah Yabwira Ibilisi Iti: "Manuka rero uve mu Bwami bw'ijuru, ntukwiye kubugiriramwo amanyama, buvemwo mu vy'ukuri uri mu basuzuguritse".

قَالَ فَٱهْبِطْ مِنْهَا فَمَا يَكُونُ لَكَ أَن تَتَكَبَّرَ فِيهَا فَٱخْرُجْ إِنَّكَ مِنَ ٱلصَّٰغِرِينَ ﴿١٣﴾

14. Ibilisi amaze kwihebura yabwiye Imana Allah ati: "Mpa kuramba rero gushika ku musi w'izuka[2]".

قَالَ أَنظِرْنِىٓ إِلَىٰ يَوْمِ يُبْعَثُونَ ﴿١٤﴾

15. Imana Allah Yaramwishuye Iti: "Mu vy'ukuri, Ndaguhaye kuramba gushika ku musi w'imperuka, igihe havugijwe inzamba yo guhonya ibiremwa vyose".

قَالَ إِنَّكَ مِنَ ٱلْمُنظَرِينَ ﴿١٥﴾

16. Ibilisi yabandanije ahigira Bene Adamu anaga urutoke avuga ati: "Kubera ko Wampubishije ga Mana! Ni ukuri nzokwita ku rutare mu guhubisha Bene Adamu inzira yawe igorororotse y'ubwislamu, ishingiye ku kwemera-ndemanwa.

قَالَ فَبِمَآ أَغْوَيْتَنِى لَأَقْعُدَنَّ لَهُمْ صِرَٰطَكَ ٱلْمُسْتَقِيمَ ﴿١٦﴾

17. Hanyuma ni ukuri, nzobaturuka mu mpande zose; imbere n'inyuma, iburyo n'ibubamfu, mpeze ndabaryohereze ivy'isi, ndabatere amakenga mu

ثُمَّ لَءَاتِيَنَّهُم مِّنۢ بَيْنِ أَيْدِيهِمْ وَمِنْ خَلْفِهِمْ وَعَنْ أَيْمَٰنِهِمْ وَعَن شَمَآئِلِهِمْ ۖ وَلَا تَجِدُ

[1] Ibilisi, ni izina ry'ikiremwa ca mbere mu majini, ni na co cahavuye kiba inkomoko y'amajini. Mu majini rero, harimwo abemeramana hakabamwo n'abagarariji (amashetani).
[2] Sinzohitanwe n'umuhero w'isi kugira nshishikare guhubisha Bene Adamu.

kwemera ko hariho ubuzima bw'inyuma yo gupfa, kandi ntuzokwigera Usanga abenshi muri bo bashima inema zawe".

وَلَا تَجِدُ أَكۡثَرَهُمۡ شَٰكِرِينَ ١٧

18. Imana Allah Yabwiye Ibilisi Iti: "Sohoka uve mu Bwami bw'ijuru ushavuriwe, womowe muri bwo. Ni ukuri, umuriro wa jahannamu Nzowuzuza abazogukurikira muri Bene Adamu, muri kumwe ikivunga".

قَالَ ٱخۡرُجۡ مِنۡهَا مَذۡءُومٗا مَّدۡحُورٗاۖ لَّمَن تَبِعَكَ مِنۡهُمۡ لَأَمۡلَأَنَّ جَهَنَّمَ مِنكُمۡ أَجۡمَعِينَ ١٨

19. Ewe Adamu! Cumbika wewe n'umukenyezi wawe Hawa mu Bwami bw'ijuru, muheze mufungure aho mushaka mu vyamwa vyabwo, ariko ntimuzohirahire kwegera icamwa c'iki giti, ngo muhave muba mu bantu birenganije mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

وَيَٰٓـَٔادَمُ ٱسۡكُنۡ أَنتَ وَزَوۡجُكَ ٱلۡجَنَّةَ فَكُلَا مِنۡ حَيۡثُ شِئۡتُمَا وَلَا تَقۡرَبَا هَٰذِهِ ٱلشَّجَرَةَ فَتَكُونَا مِنَ ٱلظَّٰلِمِينَ ١٩

20. Ni ho rero shetani yabosha kurenga kw'ibwirizwa ryo kudafungura icamwa ca nya giti, kugira bahanirwe ico gicumuro mu kwambikwa ubusa ubwambure bwabo, butari bwigere bugaragara. Yaboheje avuga ati: "Burya rero Imana yanyu Rurema Allah ntiyababujije gufungura icamwa c'iki giti, atari uko mwohava muba abamalayika, canke mukaba mu bantu bazobaho ibihe bidahera mu Bwami bw'ijuru".

فَوَسۡوَسَ لَهُمَا ٱلشَّيۡطَٰنُ لِيُبۡدِيَ لَهُمَا مَا وُۥرِيَ عَنۡهُمَا مِن سَوۡءَٰتِهِمَا وَقَالَ مَا نَهَىٰكُمَا رَبُّكُمَا عَنۡ هَٰذِهِ ٱلشَّجَرَةِ إِلَّآ أَن تَكُونَا مَلَكَيۡنِ أَوۡ تَكُونَا مِنَ ٱلۡخَٰلِدِينَ ٢٠

21. Ibilisi yararahiye ararengwa kw'izina ry'Imana Allah ati: "Jewe mu vy'ukuri, ndi mu bahanuzi banyu beza nobagira inama ko mwofungura kuri ico giti".

وَقَاسَمَهُمَآ إِنِّي لَكُمَا لَمِنَ ٱلنَّٰصِحِينَ ٢١

22. Ibilisi yaratumye rero bubahuka ku guhendwa, baraheza barafungura kuri ca giti. Bamaze kugifungurako, ubwambure bwabo bwaciye bugaragara, bashoka batangura guhungurura amababi y'ibiti ngo bayipfukishe ku bwambure[1]. Ni ho rero Imana yabo Rurema Allah Yabahamagara Iti: "Sinababujije gufungura icamwa ca kirya giti, nkanababwira ko mu vy'ukuri shetani ari umwansi wanyu agaragara!".

فَدَلَّىٰهُمَا بِغُرُورٖۚ فَلَمَّا ذَاقَا ٱلشَّجَرَةَ بَدَتۡ لَهُمَا سَوۡءَٰتُهُمَا وَطَفِقَا يَخۡصِفَانِ عَلَيۡهِمَا مِن وَرَقِ ٱلۡجَنَّةِۖ وَنَادَىٰهُمَا رَبُّهُمَآ أَلَمۡ أَنۡهَكُمَا عَن تِلۡكُمَا ٱلشَّجَرَةِ وَأَقُل لَّكُمَآ إِنَّ ٱلشَّيۡطَٰنَ لَكُمَا عَدُوّٞ مُّبِينٞ ٢٢

23. Adamu na Hawa bavuze batakamba bati: "Mana yacu Rurema Allah! Twirenganije mu gufungura kuri kirya giti, nutatugumiriza akabanga Ukatubabarira iki caha twakoze, Ukanatugirira impuhwe, ni ukuri tuzoba turi mu bantu bahomvye ubuzima bwabo[2]".

قَالَا رَبَّنَا ظَلَمۡنَآ أَنفُسَنَا وَإِن لَّمۡ تَغۡفِرۡ لَنَا وَتَرۡحَمۡنَا لَنَكُونَنَّ مِنَ ٱلۡخَٰسِرِينَ ٢٣

24. Imana Allah Yabwiye Adamu na Hawa hamwe na Ibilisi Iti: "Nimumanuke kw'isi, muzoba abansi hagati yanyu, kw'isi ni ho mufise uburaro n'uburamuko, muzoryoherwa akanya gato gushika umusi w'urupfu rw'umwe wese".

قَالَ ٱهۡبِطُواْ بَعۡضُكُمۡ لِبَعۡضٍ عَدُوّٞۖ وَلَكُمۡ فِي ٱلۡأَرۡضِ مُسۡتَقَرّٞ وَمَتَٰعٌ إِلَىٰ حِينٖ ٢٤

[1] Iyi Aayah irerekana ko ukugaragaza ubwambure ari ikintu kibi kinateye isoni, n'uko camye ari ikintu kitarekuwe mu mico kama ya kiremwa-muntu.

[2] Aya rero, ni yo majambo Imana Allah Yeretse Adamu kugira ayasabishe mu kwigaya, Imana Allah na Yo Iraheza Iramubabarira.

25. Imana Allah Yabwiye Adamu na Hawa Iti: “Kw’isi ni ho muzoba mwebwe n’uruvyaro rwanyu ubuzima bwo kw’isi, ni na ho muzopfira hageze gupfa, ni no mw’isi nyene muzozurwa umusi w’izuka”.

قَالَ فِيهَا تَحۡيَوۡنَ وَفِيهَا تَمُوتُونَ وَمِنۡهَا تُخۡرَجُونَ ٢٥

26. Emwe Bene Adamu! Ni ukuri, Twarabaremeye inyambarwa zipfuka ubwambure bwanyu[1], n’izindi zo gushaza mukaberwa[2]. Inyambarwa yo gutinya no kugamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, ni yo nyambarwa ibereye umwemeramana. Ivyo, Imana Allah Yabibatomoreye mu vyemezo vyayo kugira mwibuke inema zayo muheze muyishimire.

يَٰبَنِيٓ ءَادَمَ قَدۡ أَنزَلۡنَا عَلَيۡكُمۡ لِبَاسٗا يُوَٰرِي سَوۡءَٰتِكُمۡ وَرِيشٗاۖ وَلِبَاسُ ٱلتَّقۡوَىٰ ذَٰلِكَ خَيۡرٞۚ ذَٰلِكَ مِنۡ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ لَعَلَّهُمۡ يَذَّكَّرُونَ ٢٦

27. Emwe Bene Adamu! Shetani ntikabahende ku kubaryohereza ibicumuro nk’uko yaryohereje ibicumuro abavyeyi banyu Adamu na Hawa, ikabakura mu Bwami bw’ijuru, ikabambura inyambarwa zari zipfutse ubwambure bwabo kugira basigare bari gusa. Mu vy’ukuri, shetani n’uruvyaro rwayo barababona mu gihe mwebwe mutababona, nimubiyubare rero. Mu vy’ukuri, amashetani Twayagize abahagarikizi b’abatemera Imana Allah hamwe n’Intumwa zayo;

يَٰبَنِيٓ ءَادَمَ لَا يَفۡتِنَنَّكُمُ ٱلشَّيۡطَٰنُ كَمَآ أَخۡرَجَ أَبَوَيۡكُم مِّنَ ٱلۡجَنَّةِ يَنزِعُ عَنۡهُمَا لِبَاسَهُمَا لِيُرِيَهُمَا سَوۡءَٰتِهِمَآۗ إِنَّهُۥ يَرَىٰكُمۡ هُوَ وَقَبِيلُهُۥ مِنۡ حَيۡثُ لَا تَرَوۡنَهُمۡۗ إِنَّا جَعَلۡنَا ٱلشَّيَٰطِينَ أَوۡلِيَآءَ لِلَّذِينَ لَا يُؤۡمِنُونَ ٢٧

28. Iyo bakoze ivyaha bavuga biregura bati: “Ni ryo ragi twarazwe n’abavyeyi bacu, ni ko twasanze bagira. Ni na vyo Imana Allah Yatubwirije”. Ntumwa y’Imana! Babwire uti: “Mu vy’ukuri, Imana Allah ntibwiriza gukora ivyaha. Mbega muvuga murementaniriza Imana Allah ivyo mutazi?”.

وَإِذَا فَعَلُواْ فَٰحِشَةٗ قَالُواْ وَجَدۡنَا عَلَيۡهَآ ءَابَآءَنَا وَٱللَّهُ أَمَرَنَا بِهَاۗ قُلۡ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَأۡمُرُ بِٱلۡفَحۡشَآءِۖ أَتَقُولُونَ عَلَى ٱللَّهِ مَا لَا تَعۡلَمُونَ ٢٨

29. Ntumwa y’Imana! Bwira ababangikanyamana uti: “Imana yanje Rurema Allah Yababwirije gutunganiriza abantu, Ibabwiriza no kuyitumbera muyiyegereza mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende aho muzoba muri hose, canecane mu misigiti; ibabwiriza no kuyisaba mweza idini ryayo, mwemera izuka ry’inyuma yo gupfa; nk’uko Yashoboye rero kubarema ubwa mbere, Irashoboye kandi kubazura mukomeye”.

قُلۡ أَمَرَ رَبِّي بِٱلۡقِسۡطِۖ وَأَقِيمُواْ وُجُوهَكُمۡ عِندَ كُلِّ مَسۡجِدٖ وَٱدۡعُوهُ مُخۡلِصِينَ لَهُ ٱلدِّينَۚ كَمَا بَدَأَكُمۡ تَعُودُونَ ٢٩

30. Imana Allah Yagize mu biremwa imigwi ibiri; umugwi w’abo Yashoboje gutumbera inzira igororotse n’umugwi w’abagiriwe n’ubuhuvyi. Abo rero bagiriwe n’ubuhuvyi, mu vy’ukuri bagize amashetani abahagarikizi, baraheza barayumvira mu gishingo c’Imana Allah ku bujuju bwo kutamenya, bibaza ko batumbereye inzira y’ubugororotsi.

فَرِيقًا هَدَىٰ وَفَرِيقًا حَقَّ عَلَيۡهِمُ ٱلضَّلَٰلَةُۚ إِنَّهُمُ ٱتَّخَذُواْ ٱلشَّيَٰطِينَ أَوۡلِيَآءَ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَيَحۡسَبُونَ أَنَّهُم مُّهۡتَدُونَ ٣٠

[1] Iyi, ni yo nyambarwa itegetswe itegerezwa kwambarwa kuko ipfuka ubwambure kizira kubugaragaza.

[2] Iyi na yo, ni inyambarwa yo kurenzako ku gushaza, umwe wese yisunze uburyo afise.

31. Emwe Bene Adamu! Igihe cose muzoshaka gusenga, murambara inyambarwa zibakwiye, zisukuye, mushaze. Mufungure kandi munywe mu vyiza birekuwe, ariko ntimusesagure mu kurenza urugero. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntikunda abasesagura".

۞يَٰبَنِيٓ ءَادَمَ خُذُواْ زِينَتَكُمۡ عِندَ كُلِّ مَسۡجِدٖ وَكُلُواْ وَٱشۡرَبُواْ وَلَا تُسۡرِفُوٓاْۚ إِنَّهُۥ لَا يُحِبُّ ٱلۡمُسۡرِفِينَ ٣١

32. Ntumwa y'Imana! Baza ababangikanyamana uti: "Ni nde yaziririje ugushaza mu vyambarwa vyiza Imana Allah Yaremeye abaja bayo, akabuza gufungura ivyiza birekuwe mu ngabirano zayo!". Babwire uti: "Ivyo vyambarwa n'imfungurwa, birekuriwe abemeramana mu buzima bwo kw'isi nk'abandi bose, bikazoba bigenewe abemeramana gusa ku musi w'izuka". Ni nk'ukwo nyene rero Twebwe Allah Dutomorera Aayah zacu abantu bazi bagatahura ivyo babwirwa.

قُلۡ مَنۡ حَرَّمَ زِينَةَ ٱللَّهِ ٱلَّتِيٓ أَخۡرَجَ لِعِبَادِهِۦ وَٱلطَّيِّبَٰتِ مِنَ ٱلرِّزۡقِۚ قُلۡ هِيَ لِلَّذِينَ ءَامَنُواْ فِي ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَا خَالِصَةٗ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِۗ كَذَٰلِكَ نُفَصِّلُ ٱلۡأٓيَٰتِ لِقَوۡمٖ يَعۡلَمُونَ ٣٢

33. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Yaziririje gukora ivyaha vy'agahomerabunwa[1], ibikorerwa ku mugaragaro n'ibikorerwa mu mpisho; Inaziririza gukora ibicumuro vy'ubwoko bwose, na canecane ukurenganya abantu, kuko guciye kubiri n'ukuri. Yarongeye Iziririza kandi kubangikanya Imana Allah kuko Itigeze Imanura icemezo kibirekura, hamwe rero no kwomekera ku Mana Allah iziririza n'izirura ry'ibintu mutabifitiye ivyemezo vy'ukuri".

قُلۡ إِنَّمَا حَرَّمَ رَبِّيَ ٱلۡفَوَٰحِشَ مَا ظَهَرَ مِنۡهَا وَمَا بَطَنَ وَٱلۡإِثۡمَ وَٱلۡبَغۡيَ بِغَيۡرِ ٱلۡحَقِّ وَأَن تُشۡرِكُواْ بِٱللَّهِ مَا لَمۡ يُنَزِّلۡ بِهِۦ سُلۡطَٰنٗا وَأَن تَقُولُواْ عَلَى ٱللَّهِ مَا لَا تَعۡلَمُونَ ٣٣

34. Umugwi wose w'abagarariji urafise isango ryo guhanirwako; igihe c'iryo sango ry'igihano kigeze, uwo mugwi ntuzohabwa irindi sango, eka ntirizonasubizwa inyuma ngo uhanwe hataragera.

وَلِكُلِّ أُمَّةٍ أَجَلٞۖ فَإِذَا جَآءَ أَجَلُهُمۡ لَا يَسۡتَأۡخِرُونَ سَاعَةٗ وَلَا يَسۡتَقۡدِمُونَ ٣٤

35. Emwe Bene Adamu! Nimwashikirwa n'Intumwa zanje zirungitswe muri mwebwe, zibasomera Aayah z'Igitabu canje, zikanabatomorera ivyemezo vyerekana ukuri kw'ivyo zibashikiriza, muraheza muzumvire. Abazokwirinda ishavu ryanje bagatunganya ibikorwa vyabo, ntibazogira ubwoba bwo guhanwa ku musi w'izuka, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu y'ivyo basize kw'isi.

يَٰبَنِيٓ ءَادَمَ إِمَّا يَأۡتِيَنَّكُمۡ رُسُلٞ مِّنكُمۡ يَقُصُّونَ عَلَيۡكُمۡ ءَايَٰتِي فَمَنِ ٱتَّقَىٰ وَأَصۡلَحَ فَلَا خَوۡفٌ عَلَيۡهِمۡ وَلَا هُمۡ يَحۡزَنُونَ ٣٥

36. Abahakanye bivuye inyuma ivyemezo vyacu vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, bakanagira amanyama mu kuvyirengagiza, abo ni bo bantu rero bo mu muriro, bazowubamwo ibihe bidahera.

وَٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا وَٱسۡتَكۡبَرُواْ عَنۡهَآ أُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلنَّارِۖ هُمۡ فِيهَا خَٰلِدُونَ ٣٦

37. Nta n'umwe rero arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah, canke uwuhakana Aayah zayo! Abo ni bo rero bashikirwa n'amahirwe n'amagorwa

فَمَنۡ أَظۡلَمُ مِمَّنِ ٱفۡتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا أَوۡ كَذَّبَ بِـَٔايَٰتِهِۦٓۚ أُوْلَٰٓئِكَ يَنَالُهُمۡ نَصِيبُهُم

[1] Nko gusambana kw'umugore n'umugabo canke kw'abasangiye ibitsina, ukwagiriza umuntu ubusambanyi ata cemeza gihari, n'ibindi.

مِّنَ ٱلۡكِتَٰبِۖ حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءَتۡهُمۡ رُسُلُنَا يَتَوَفَّوۡنَهُمۡ قَالُوٓاْ أَيۡنَ مَا كُنتُمۡ تَدۡعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِۖ قَالُواْ ضَلُّواْ عَنَّا وَشَهِدُواْ عَلَىٰٓ أَنفُسِهِمۡ أَنَّهُمۡ كَانُواْ كَٰفِرِينَ ٣٧

kw'isi vyanditswe mu Gitabu c'ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfudhw", gushika igihe bashikiriwe n'Intumwa zacu z'abamalayika bajejwe urupfu[1] kugira zibice, zice zibabaza ziti: "Biri hehe ivyo mwahora musenga mu gishingo c'Imana Allah kugira bibakize intureka z'urupfu?"; bazokwishura bati: "Yoo! Vyamaze kuzimangana". Muri ico gihe rero, bazoheza bemange ko bahoze kw'isi ari abagarariji mu guhakana bivuye inyuma ko hari Imana Imwe Rudende.

قَالَ ٱدۡخُلُواْ فِيٓ أُمَمٖ قَدۡ خَلَتۡ مِن قَبۡلِكُم مِّنَ ٱلۡجِنِّ وَٱلۡإِنسِ فِي ٱلنَّارِۖ كُلَّمَا دَخَلَتۡ أُمَّةٞ لَّعَنَتۡ أُخۡتَهَاۖ حَتَّىٰٓ إِذَا ٱدَّارَكُواْ فِيهَا جَمِيعٗا قَالَتۡ أُخۡرَىٰهُمۡ لِأُولَىٰهُمۡ رَبَّنَا هَٰٓؤُلَآءِ أَضَلُّونَا فَـَٔاتِهِمۡ عَذَابٗا ضِعۡفٗا مِّنَ ٱلنَّارِۖ قَالَ لِكُلّٖ ضِعۡفٞ وَلَٰكِن لَّا تَعۡلَمُونَ ٣٨

38. Imana Allah Izobabwira ku musi w'izuka Iti: "Nimwinjire rero mu muriro muri kumwe n'iyindi migwi y'abagarariji b'aho hambere yanyu mu majini n'abantu". Uko umugwi wose warungikiwe Intumwa winjiye mu muriro, ni ko uzota imiragwe ku wundi mugwi wawuhubishije gushika n'aho imigwi yose ihurira mu muriro. Ni ho rero umugwi wahuvye uzoca usabira ibihano ruhasha umugwi wawuhubishije uti: "Mana yacu Rurema Allah! Aba, ni bo baduhubishije inzira yawe igororotse, kubera ivyo rero, bahe ibihano bigwijwe kenshi". Imana Allah Izobishura Iti: "Burya umugwi wose muri mwebwe no muri bo, urafise ibihano bigwijwe kenshi, ariko nta vyo muzi".

وَقَالَتۡ أُولَىٰهُمۡ لِأُخۡرَىٰهُمۡ فَمَا كَانَ لَكُمۡ عَلَيۡنَا مِن فَضۡلٖ فَذُوقُواْ ٱلۡعَذَابَ بِمَا كُنتُمۡ تَكۡسِبُونَ ٣٩

39. Umugwi w'abahubishije abandi na wo, uzobwira umugwi w'abahubishijwe uti: "Nta butore twabasumvya, twese twari mu buhuvyi butuma duhanwa kumwe". Imana Allah Izoheza Ibabwire Iti: "Nimuhonje rero ibihano vyo mu muriro wa Jahannamu, bitewe n'ivyaha vy'ivyo mwari mwararondeye kw'isi".

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا وَٱسۡتَكۡبَرُواْ عَنۡهَا لَا تُفَتَّحُ لَهُمۡ أَبۡوَٰبُ ٱلسَّمَآءِ وَلَا يَدۡخُلُونَ ٱلۡجَنَّةَ حَتَّىٰ يَلِجَ ٱلۡجَمَلُ فِي سَمِّ ٱلۡخِيَاطِۚ وَكَذَٰلِكَ نَجۡزِي ٱلۡمُجۡرِمِينَ ٤٠

40. Mu vy'ukuri, abagarariji bahakanye bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyacu vyerekana isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, bakanagira amanyama mu kuvyirengagiza, ibikorwa bakoze kw'isi, eka n'imishaha yabo igihe co gupfa, ntibizokwugururirwa imiryango y'ijuru, eka na bo nyene ntibazokwinjira mu Bwami bw'ijuru ingamiya itabanje kwinjira mu ntoboro y'urushinge[2]. Ivyo na vyo bikaba bitoshoboka. Ni nk'ukwo rero Twebwe Allah Duhemba inkozi z'ikibi.

لَهُم مِّن جَهَنَّمَ مِهَادٞ وَمِن فَوۡقِهِمۡ غَوَاشٖۚ وَكَذَٰلِكَ نَجۡزِي ٱلظَّٰلِمِينَ ٤١

41. Bazokwinjira rero mu muriro wa Jahannamu, ukaba ari na wo bategekanirijwe kuba ubusaswa n'ivyo kwipfuka. Ni nk'ivyo bihano rero Twebwe Allah Duha abirenganya mu kurenga ku mabwirizwa yacu.

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَا نُكَلِّفُ نَفۡسًا إِلَّا وُسۡعَهَآ أُوْلَٰٓئِكَ

42. Abemeye Imana Allah bakanakora n'ivyiza bitegetswe uko bashoboye, kanatsinda Twebwe Allah ntidutegeka umuntu kiretse ivyo ashoboye, abo ni bo bantu rero bo mu

[1] Barongowe na Malaku l-mawti.

[2] Kurya rero bitoshoboka ko ingamiya yinjira mu ntoboro y'urushinge, ni ko n'abagarariji batokwinjira mu Bwami bw'ijuru.

Bwami bw'ijuru, bazobubamwo ibihe bidahera.

أَصۡحَٰبُ ٱلۡجَنَّةِۖ هُمۡ فِيهَا خَٰلِدُونَ ٤٢

43. Tuzoheza rero Dukure inzigo y'inzikira mu mishaha yabo. Muri ubwo Bwami bw'ijuru, musi y'inyubakwa zabwo hatemba inzuzi. Abari muri bwo bazovuga bashima bati: "Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, Yo Yadushoboje gukora ibikorwa vyiza bidushikana ku nema zayo, ntitwari kwishoboza na gato gutumbera inzira igorororotse, iyo Imana Allah Itabidushoboza, Ikabidutsimbatazako. Ni ukuri, Intumwa z'Imana yacu Rurema Allah zaje zivugisha ukuri mu vyo zashikirije". Abemeramana bazoheza bakezwe bahamagarwe bati: "Ubwo, ni bwa Bwami bw'ijuru mwarazwe ku mpuhwe z'Imana Allah ku vyiza mwari mwarakoze kw'isi".

وَنَزَعۡنَا مَا فِي صُدُورِهِم مِّنۡ غِلٍّ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهِمُ ٱلۡأَنۡهَٰرُۖ وَقَالُواْ ٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ ٱلَّذِي هَدَىٰنَا لِهَٰذَا وَمَا كُنَّا لِنَهۡتَدِيَ لَوۡلَآ أَنۡ هَدَىٰنَا ٱللَّهُۖ لَقَدۡ جَآءَتۡ رُسُلُ رَبِّنَا بِٱلۡحَقِّۖ وَنُودُوٓاْ أَن تِلۡكُمُ ٱلۡجَنَّةُ أُورِثۡتُمُوهَا بِمَا كُنتُمۡ تَعۡمَلُونَ ٤٣

44. Abari mu Bwami bw'ijuru bazoshoka bahamagara abari mu muriro bati: "Burya twasanze impera y'Ubwami bw'ijuru, Imana yacu Rurema Allah Yadusezeraniye ari iy'ukuri. Mbega na mwe mwoba mwasanze impera y'ibihano vyo mu muriro, Imana yanyu Rurema Allah Yabasezeraniye ari iy'ukuri!". Bazoheza bishure bati: "Ego cane! Twasanze impera Yadusezeraniye ari iy'ukuri". Ni ho rero hazoca humvikana ijwi ry'umuraritsi riti: "Harakavumwa abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah!;

وَنَادَىٰٓ أَصۡحَٰبُ ٱلۡجَنَّةِ أَصۡحَٰبَ ٱلنَّارِ أَن قَدۡ وَجَدۡنَا مَا وَعَدَنَا رَبُّنَا حَقّٗا فَهَلۡ وَجَدتُّم مَّا وَعَدَ رَبُّكُمۡ حَقّٗاۖ قَالُواْ نَعَمۡۚ فَأَذَّنَ مُؤَذِّنُۢ بَيۡنَهُمۡ أَن لَّعۡنَةُ ٱللَّهِ عَلَى ٱلظَّٰلِمِينَ ٤٤

45. Abirengagije gukurikira inzira y'Imana Allah igorororotse bakanaburagiza abantu kuyikurikira, bagashaka ko nya nzira idatumbera ukuri, bakanahakana bivuye inyuma ubuzima bw'inyuma yo gupfa".

ٱلَّذِينَ يَصُدُّونَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ وَيَبۡغُونَهَا عِوَجٗا وَهُم بِٱلۡأٓخِرَةِ كَٰفِرُونَ ٤٥

46. Hagati y'Ubwami bw'ijuru n'umuriro rero, hazoba hari uruzitiro amahanga rwitwa "A'raaf". Kuri nya ruzitiro hazoba hari abantu bazitiriwe ng'aho, bazomenyera umwe wese mu bantu bo mu Bwami bw'ijuru canke bo mu muriro, ku bimenyetso bimuranga[1]. Abo bantu rero, ni barya ivyiza n'ibibi vyabo bizoba biri ku rugero rumwe, maze bazitirirwe ng'aho barindiriye impuhwe z'Imana Allah. Bazoheza rero basemerere bahamagara abantu bo mu Bwami bw'ijuru babakeza bati: "Nimugire amahoro". Muri ico gihe, abari muri nya ruzitiro, ntibazoba barabwinjiramwo, n'aho bazoba bagifise umwizero wo kubwinjiramwo.

وَبَيۡنَهُمَا حِجَابٞۚ وَعَلَى ٱلۡأَعۡرَافِ رِجَالٞ يَعۡرِفُونَ كُلَّۢا بِسِيمَىٰهُمۡۚ وَنَادَوۡاْ أَصۡحَٰبَ ٱلۡجَنَّةِ أَن سَلَٰمٌ عَلَيۡكُمۡۚ لَمۡ يَدۡخُلُوهَا وَهُمۡ يَطۡمَعُونَ ٤٦

[1] Mu bimenyetso vy'abantu bo mu Bwami bw'ijuru, ni nko gusayangana mu maso. Nayo mu bimenyetso vy'abantu bo mu muriro, ni nko kwijirirwa no kwirabura mu maso.

47. Bagize ngo barahindukiza amaso amaja ku bantu bari mu muriro, bazovuga batakamba bati: “Mana yacu Rurema Allah! Ntudushire hamwe n’abantu birenganije mu kurenga ku mabwirizwa yawe”,

۞وَإِذَا صُرِفَتْ أَبْصَٰرُهُمْ تِلْقَآءَ أَصْحَٰبِ ٱلنَّارِ قَالُوا۟ رَبَّنَا لَا تَجْعَلْنَا مَعَ ٱلْقَوْمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٤٧﴾

48. Abazitiriwe hagati y’Ubwami bw’ijuru n’umuriro, bazoheza bahamagare indongozi z’abagarariji mu muriro, bazozimenyera ku bimenyetso biziranga, bati: “Amatungo mwegeranije, abantu bari babakikije kw’isi, eka n’amanyama yatumye muhonyanga amabwirizwa y’Imana Allah, ivyo vyose nta na kimwe vyabamariye!;

وَنَادَىٰٓ أَصْحَٰبُ ٱلْأَعْرَافِ رِجَالًا يَعْرِفُونَهُم بِسِيمَىٰهُمْ قَالُوا۟ مَآ أَغْنَىٰ عَنكُمْ جَمْعُكُمْ وَمَا كُنتُمْ تَسْتَكْبِرُونَ ﴿٤٨﴾

49. Mbega aba bakene na ba nyarucari bari mu Bwami bw'ijuru, si bo mwarahira mukarengwa mukiri kw’isi; ko Imana Allah Itazokwigera Ibagirira impuhwe ku musi w’izuka, bakinjira mu Bwami bw’ijuru!". Ba bantu bari muri rwa ruzitiro ruri hagati y’Ubwami bw’ijuru n’umuriro rero, bace babwirwa bati: "Nimwinjire mu Bwami bw’ijuru ku mpuhwe z’Imana Allah, ntimugire ubwoba bwo guhanwa kuri uno musi, eka ntimunicwe n’intuntu y’ivyo mwasize kw’isi".

أَهَٰٓؤُلَآءِ ٱلَّذِينَ أَقْسَمْتُمْ لَا يَنَالُهُمُ ٱللَّهُ بِرَحْمَةٍ ۚ ٱدْخُلُوا۟ ٱلْجَنَّةَ لَا خَوْفٌ عَلَيْكُمْ وَلَآ أَنتُمْ تَحْزَنُونَ ﴿٤٩﴾

50. Abantu bari mu muriro na bo, bazosaba abantu bari mu Bwami bw’ijuru bitabariza ko bobahembura, bati: “Yemwe! Nimudusomye na duke ku mazi, canke muduhembure ku mfungurwa mwaronkejwe n’Imana Allah!”. Bazobishura bati: “Ni ukuri, burya Imana Allah Yaraziririje amazi n’imfungurwa ku bayigarariye bagahakana n’Intumwa zayo".

وَنَادَىٰٓ أَصْحَٰبُ ٱلنَّارِ أَصْحَٰبَ ٱلْجَنَّةِ أَنْ أَفِيضُوا۟ عَلَيْنَا مِنَ ٱلْمَآءِ أَوْ مِمَّا رَزَقَكُمُ ٱللَّهُ ۚ قَالُوٓا۟ إِنَّ ٱللَّهَ حَرَّمَهُمَا عَلَى ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٥٠﴾

51. Abazogorerwa mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni barya bagize idini ry’ubwislamu igikinisho n’ikiyago co guteburirako mu gutyoza no guhakana, bakanahendwa n’ibihendamaso vy’ubuzima bwo kw’isi. Kuri uwo musi rero, Twebwe Allah Tuzobirengagiza mu kubagumiza mu bihano; nka kurya birengagije mu kwibagira gukora ivyiza mu kwitegurira uno musi wabo, hamwe rero n’uko bahakana bivuye inyuma ivyemezo vyacu bakiri kw'isi.

ٱلَّذِينَ ٱتَّخَذُوا۟ دِينَهُمْ لَهْوًا وَلَعِبًا وَغَرَّتْهُمُ ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَا ۚ فَٱلْيَوْمَ نَنسَىٰهُمْ كَمَا نَسُوا۟ لِقَآءَ يَوْمِهِمْ هَٰذَا وَمَا كَانُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا يَجْحَدُونَ ﴿٥١﴾

52. Ntumwa y’Imana! Ni ukuri, Twebwe Allah Twarazaniye abagarariji Igitabu ca Qor’ani wahishuriwe, Twatomoye ibiri muri co mu bumenyi buhambaye, kirimwo ubugororotsi n’impuhwe ku bantu bemera Imana Allah n’Intumwa yayo bakubahiriza n’amabwirizwa yayo.

وَلَقَدْ جِئْنَٰهُم بِكِتَٰبٍ فَصَّلْنَٰهُ عَلَىٰ عِلْمٍ هُدًى وَرَحْمَةً لِّقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ ﴿٥٢﴾

53. Mbega abagarariji boba barindiriye iki kugira bemere, kiretse gushikirwa n’ibihano basezeraniwe muri Qor’ani! Umusi bashikiwe n’ivyo bihano, abirengagije Qor’ani bakanayibagira bakiri kw’isi bazovuga bati: “Ni ukuri, turemeye ko Intumwa z’Imana yacu Rurema Allah zaje

هَلْ يَنظُرُونَ إِلَّا تَأْوِيلَهُۥ ۚ يَوْمَ يَأْتِى تَأْوِيلُهُۥ يَقُولُ ٱلَّذِينَ نَسُوهُ مِن قَبْلُ قَدْ جَآءَتْ رُسُلُ رَبِّنَا بِٱلْحَقِّ فَهَل لَّنَا مِن شُفَعَآءَ

فَيَشْفَعُواْ لَنَآ أَوْ نُرَدُّ فَنَعْمَلَ غَيْرَ ٱلَّذِى كُنَّا نَعْمَلُ ۚ قَدْ خَسِرُوٓاْ أَنفُسَهُمْ وَضَلَّ عَنْهُم مَّا كَانُواْ يَفْتَرُونَ ﴿٥٣﴾

zizanye ukuri, ziranaduhanura. Mbega yemwe tworonka hehe abagenzi ngo batuvugire ku Mana Allah ntiduhanwe, canke dusubizwe kandi kw'isi duheze dukore ibitari nk'ivyo twahora dukora bidashimisha Imana Allah!". Ni ukuri abo barahomvye ubuzima bwabo, bazoruhukira mu muriro, n'ivugirwa baziga ku bigirwamana vyabo nta ryo bazokwigera baronka.

إِنَّ رَبَّكُمُ ٱللَّهُ ٱلَّذِى خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ فِى سِتَّةِ أَيَّامٍ ثُمَّ ٱسْتَوَىٰ عَلَى ٱلْعَرْشِ ۖ يُغْشِى ٱلَّيْلَ ٱلنَّهَارَ يَطْلُبُهُۥ حَثِيثًا وَٱلشَّمْسَ وَٱلْقَمَرَ وَٱلنُّجُومَ مُسَخَّرَٰتٍۭ بِأَمْرِهِۦٓ ۗ أَلَا لَهُ ٱلْخَلْقُ وَٱلْأَمْرُ ۗ تَبَارَكَ ٱللَّهُ رَبُّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٥٤﴾

54. Bantu! Mu vy'ukuri Imana yanyu Rurema Allah, ni Yo Yaremye amajuru n'isi mu misi itandatu, hanyuma Iraheza Irahangama hejuru y'ibiremwa vyose ku Buhangamo bwayo "Al'Arsh" mu buryo buberanye n'icubahiro cayo, Ituma ijoro rihwikira umurango bugaheza bukira, Igatuma n'umurango uhwikira ijoro bugaheza bugaca; kimwe cose muri ivyo, kigakurikira ikindi bukebuke bikurakuranwa igihe cose. Ni na Yo Yaremye izuba, ukwezi n'inyenyeri, vyose bikaba vyicishije bugufi bigenzwa n'itegeko ryayo, ni n'ivyemezo vyerekana ko Imana Allah Iriho. Bantu nimwumve mwumvireho! Iremwa n'itegekwa ry'ivyo vyose ni iryayo, harakubahwa haninahazwe rero Imana Allah, Yo Mubungabunzi w'ibiremwa vyose.

ٱدْعُواْ رَبَّكُمْ تَضَرُّعًا وَخُفْيَةً ۚ إِنَّهُۥ لَا يُحِبُّ ٱلْمُعْتَدِينَ ﴿٥٥﴾

55. Bemeramana! Nimusabe Imana yanyu Rurema Allah mwicishije bugufi mu mpisho mutiyerekana, umutima uri mu nda. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntikunda namba abarenga imbibe zayo z'ibibujijwe mu gusaba ikitari Yo;

وَلَا تُفْسِدُواْ فِى ٱلْأَرْضِ بَعْدَ إِصْلَٰحِهَا وَٱدْعُوهُ خَوْفًا وَطَمَعًا ۚ إِنَّ رَحْمَتَ ٱللَّهِ قَرِيبٌ مِّنَ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٥٦﴾

56. Kandi ntimukagenzwe n'ubwononyi ubwo ari bwo bwose kw'isi, inyuma y'aho Imana Allah Iyitunganirije ku kurungika Intumwa (za nyakugira amahoro y'Imana Allah), ikabungabungwa hisunzwe iyumviramana; muheze kandi muyitumbere mu kuyisaba mutayibangikanya, mutinya ibihano vyayo, mwizera n'indishi kuri Yo. Mu vy'ukuri impuhwe z'Imana Allah, ziri hafi cane y'abagwaneza.

وَهُوَ ٱلَّذِى يُرْسِلُ ٱلرِّيَٰحَ بُشْرًۢا بَيْنَ يَدَىْ رَحْمَتِهِۦٓ ۖ حَتَّىٰٓ إِذَآ أَقَلَّتْ سَحَابًا ثِقَالًا سُقْنَٰهُ لِبَلَدٍ مَّيِّتٍ فَأَنزَلْنَا بِهِ ٱلْمَآءَ فَأَخْرَجْنَا بِهِۦ مِن كُلِّ ٱلثَّمَرَٰتِ ۚ كَذَٰلِكَ نُخْرِجُ ٱلْمَوْتَىٰ لَعَلَّكُمْ تَذَكَّرُونَ ﴿٥٧﴾

57. Iyo Mana Allah, ni Yo Ituma umuyaga usunika ibicu ugatanga umwizero w'imvura ko igiye kugwa ku burenganzira bwayo, maze ibiremwa bikaboneraho kuronka impuhwe zayo. Iyo rero nya muyaga utanguye gusunika ibicu vy'imvura, Twebwe Allah Turaheza Tugashorera nya bicu ahari isi yagadutse, ubwatsi, ibiterwa n'ibiti bikuma, Tugashoka rero Turekurira nya mvura ikagwa, bwa bwatsi, ibiterwa n'ibiti bigasubira gutotahara, maze nya biterwa n'ibiti bigaheza bikama ivyamwa vy'ubwoko bwose. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Dutuma isi yagadutse isubira gutotahara - Tuzozura abapfuye bazuke ari bazima. Ivyo rero biri ukwo, kugira mwibuke ko Imana Allah ari Imwe Rudende, kandi ko Ishoboye kuzura n'abapfuye.

58. Burya isi y'akanovera iyo ironse imvura, ibiterwa vyayo biraheza bigatotahara bikera ku burenganzira bw'Imana yayo Rurema Allah[1]; nayo isi ititutse, ibiterwa vyayo ntivyera kiretse ibihumbwa gusa, naho nyene bigoranye[2]. Ni nk'uko nyene rero - Dutanga uburorero butomoye - Dutanga ivyemezo vy'ubwoko bwose vyerekana ukuri ku bantu bashima inema z'Imana Allah, bagaheza bakayumvira.

وَٱلْبَلَدُ ٱلطَّيِّبُ يَخْرُجُ نَبَاتُهُۥ بِإِذْنِ رَبِّهِۦ ۖ وَٱلَّذِى خَبُثَ لَا يَخْرُجُ إِلَّا نَكِدًا ۚ كَذَٰلِكَ نُصَرِّفُ ٱلْءَايَٰتِ لِقَوْمٍ يَشْكُرُونَ ﴿٥٨﴾

59. Ni ukuri, Twebwe Allah Twaratumye Nuhu ku bantu biwe kugira abararikire kwemera Imana Imwe Rudende Allah, baheze bayisenge batayibangikanya, araheza rero ababwira ati: "Bantu banje! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana mufise ikwiye gusengwa atari Yo. Mutabigenjeje ukwo, ndatinya ko mwohabwa ibihano bihambaye ku musi w'izuka".

لَقَدْ أَرْسَلْنَا نُوحًا إِلَىٰ قَوْمِهِۦ فَقَالَ يَٰقَوْمِ ٱعْبُدُوا۟ ٱللَّهَ مَا لَكُم مِّنْ إِلَٰهٍ غَيْرُهُۥٓ ۖ إِنِّىٓ أَخَافُ عَلَيْكُمْ عَذَابَ يَوْمٍ عَظِيمٍ ﴿٥٩﴾

60. Abarongoye abandi mu bantu biwe bamwishuye bati: "Twebwe mu vy'ukuri tubona ko wewe uri mu buhuvyi bugaragara".

قَالَ ٱلْمَلَأُ مِن قَوْمِهِۦٓ إِنَّا لَنَرَىٰكَ فِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٦٠﴾

61. Nuhu yababwiye ati: "Bantu banje! Ihibambewe si ndi mu buhuvyi! Ariko jewe ndi Intumwa ivuye ku Mana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;

قَالَ يَٰقَوْمِ لَيْسَ بِى ضَلَٰلَةٌ وَلَٰكِنِّى رَسُولٌ مِّن رَّبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٦١﴾

62. Ndabashikiriza ubutumwa Imana yanje Rurema Allah Yandungikanye, nkabahanura ndabagabisha ku bihano vyayo, ndanabashikiriza inkuru nziza y'Ubwami bw'ijuru, kandi ndazi ivyo mutazi mu ngingo z'Imana Allah.

أُبَلِّغُكُمْ رِسَٰلَٰتِ رَبِّى وَأَنصَحُ لَكُمْ وَأَعْلَمُ مِنَ ٱللَّهِ مَا لَا تَعْلَمُونَ ﴿٦٢﴾

63. Mbega mutangazwa n'uko Imana Allah Yabamanuriye urwibutso ku neza yanyu, Irucishije ku muntu Yahisemwo muri mwebwe, musanzwe muzi inkomoko n'ukuri kwiwe kugira abagabishe ku bihano vyayo muheze muyitinye muyemere, kugira muronke impuhwe zayo"!

أَوَعَجِبْتُمْ أَن جَآءَكُمْ ذِكْرٌ مِّن رَّبِّكُمْ عَلَىٰ رَجُلٍ مِّنكُمْ لِيُنذِرَكُمْ وَلِتَتَّقُوا۟ وَلَعَلَّكُمْ تُرْحَمُونَ ﴿٦٣﴾

64. Nuhu rero baramuhakanye bivuye inyuma, Dushoka Tumurokora we hamwe n'abemeramana bari kumwe mu bwato, Turaheza Dusomesha nturi abahakanye ivyemezo vyacu. Mu vy'ukuri, bari abantu imishaha yabo yahumye, ntibabona ukuri.

فَكَذَّبُوهُ فَأَنجَيْنَٰهُ وَٱلَّذِينَ مَعَهُۥ فِى ٱلْفُلْكِ وَأَغْرَقْنَا ٱلَّذِينَ كَذَّبُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَآ ۚ إِنَّهُمْ كَانُوا۟ قَوْمًا عَمِينَ ﴿٦٤﴾

65. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaranatumye kuri Bene Aadi mwenewabo Huudi igihe basenga ibishusho mu gishingo c'Imana Allah, araheza ababwira ati: "Bantu banje! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana mufise

۞ وَإِلَىٰ عَادٍ أَخَاهُمْ هُودًا ۚ قَالَ يَٰقَوْمِ ٱعْبُدُوا۟ ٱللَّهَ مَا لَكُم مِّنْ إِلَٰهٍ غَيْرُهُۥٓ ۖ أَفَلَا تَتَّقُونَ ﴿٦٥﴾

[1] Ni nk'uko nyene rero umwemeramana iyo yumvise Aayah z'Imana Allah, ziramwungura zikamwereka ubuzima bwiza.

[2] Ako, ni akarorero k'umugarariji agira amanyama, n'aho yokwumva Aayah z'Imana Allah nta co zimwungura.

ikwiye gusengwa atari Yo. Ubwo ntimwotinya ibihano vyayo!".

قَالَ ٱلْمَلَأُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ مِن قَوْمِهِۦٓ إِنَّا لَنَرَىٰكَ فِى سَفَاهَةٍ وَإِنَّا لَنَظُنُّكَ مِنَ ٱلْكَٰذِبِينَ ﴿٦٦﴾

66. Abarongoye abagararije mu bantu biwe bamwishuye bati: "Twebwe mu vy'ukuri tubona ko uri umukehabwenge, kandi twiyumvira ko uri no mu babeshi mu vyo ushikiriza ku Mana".

قَالَ يَٰقَوْمِ لَيْسَ بِى سَفَاهَةٌ وَلَٰكِنِّى رَسُولٌ مِّن رَّبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٦٧﴾

67. Huudi yababwiye ati: "Bantu banje! Ihibambewe si ndi umukehabwenge! Ariko jewe ndi Intumwa ivuye ku Mama Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose.

أُبَلِّغُكُمْ رِسَٰلَٰتِ رَبِّى وَأَنَا۠ لَكُمْ نَاصِحٌ أَمِينٌ ﴿٦٨﴾

68. Ndabashikiriza ubutumwa Imana yanje Rurema Allah Yandungikanye, kandi ndi n'umuhanuzi wanyu w'umwizigirwa mu vyo nahishuriwe.

أَوَعَجِبْتُمْ أَن جَآءَكُمْ ذِكْرٌ مِّن رَّبِّكُمْ عَلَىٰ رَجُلٍ مِّنكُمْ لِيُنذِرَكُمْ ۚ وَٱذْكُرُوٓاْ إِذْ جَعَلَكُمْ خُلَفَآءَ مِنۢ بَعْدِ قَوْمِ نُوحٍ وَزَادَكُمْ فِى ٱلْخَلْقِ بَصْۜطَةً ۖ فَٱذْكُرُوٓاْ ءَالَآءَ ٱللَّهِ لَعَلَّكُمْ تُفْلِحُونَ ﴿٦٩﴾

69. Mbega mutangazwa n'uko Imana Allah Yabamanuriye urwibutso ku neza yanyu, Irucishije ku muntu Yahisemwo muri mwebwe, musanzwe muzi inkomoko n'ukuri kwiwe kugira abagabishe ku bihano vyayo! Nimwibuke n'igihe Yabaha kubaho mukurakuranwa kw'isi, inyuma y'aho Ihonereje abantu ba Nuhu, Ikanabongerereza inkomezi mu ndemo! Nimwibuke rero inema z'umurengera Imana Allah Yabahaye, kugira muronke intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa".

قَالُوٓاْ أَجِئْتَنَا لِنَعْبُدَ ٱللَّهَ وَحْدَهُۥ وَنَذَرَ مَا كَانَ يَعْبُدُ ءَابَآؤُنَا ۖ فَأْتِنَا بِمَا تَعِدُنَآ إِن كُنتَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ﴿٧٠﴾

70. Bene Aadi babwiye Huudi n'agasuzuguro kenshi bati: "Aho nyene uturarikiye kwiyegereza mu vyo dukora vyose Imana Imwe Rudende Allah tunayisenge ari Yo Yonyene, duheze tuvavanure n'ibigirwamana vyasengwa n'abavyeyi bacu! Biri ukwo rero, duhe ibihano udusezeranira niwaba uri mu mvugakuri!"

قَالَ قَدْ وَقَعَ عَلَيْكُم مِّن رَّبِّكُمْ رِجْسٌ وَغَضَبٌ ۖ أَتُجَٰدِلُونَنِى فِىٓ أَسْمَآءٍ سَمَّيْتُمُوهَآ أَنتُمْ وَءَابَآؤُكُم مَّا نَزَّلَ ٱللَّهُ بِهَا مِن سُلْطَٰنٍ ۚ فَٱنتَظِرُوٓاْ إِنِّى مَعَكُم مِّنَ ٱلْمُنتَظِرِينَ ﴿٧١﴾

71. Huudi yabishuye abihaniza ati: "Ni ukuri, mwamaze gushikirwa n'ibihano n'ishavu ry'Imana yanyu Rurema Allah. Ubu murashishikaye kumpaririza kuri ibi bishusho mwagize ibigirwamana mwebwe hamwe n'abavyeyi banyu, ata n'icemezo Imana Allah Yigeze Imanura kirekurira isengwa ryavyo! Kubera ivyo rero, nimurindire ishika ry'ivyo bihano musaba, na nje ndindiriye hamwe na mwe".

فَأَنجَيْنَٰهُ وَٱلَّذِينَ مَعَهُۥ بِرَحْمَةٍ مِّنَّا وَقَطَعْنَا دَابِرَ ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا ۖ وَمَا كَانُواْ مُؤْمِنِينَ ﴿٧٢﴾

72. Ni ho rero bashikirwa n'ibihano vy'igihuhusi cabahoneje. Turaheza Twebwe Allah Turokora Huudi n'abemeramana bari kumwe ku mpuhwe zacu, Duhonya abahakanye ivyemezo vyacu bose, kanatsinda ntibari no mu bemeramana.

وَإِلَىٰ ثَمُودَ أَخَاهُمْ صَٰلِحًا ۚ قَالَ يَٰقَوْمِ ٱعْبُدُواْ ٱللَّهَ مَا لَكُم مِّنْ إِلَٰهٍ غَيْرُهُۥ ۖ قَدْ جَآءَتْكُم بَيِّنَةٌ مِّن رَّبِّكُمْ ۖ هَٰذِهِۦ نَاقَةُ

73. Ni ukuri, Twebwe Allah Twaranatumye kuri Bene Thamuudi mwenewabo Swalehe, igihe basenga ibishusho mu gishingo c'Imana Allah, araheza ababwira ati: "Bantu banje! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose

munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana mufise ikwiye gusengwa atari Yo, ni ukuri mwarashikiriwe n'ivyemezo bivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, ndaheza ndayisaba ko Ikura mw'ibuye ingamiya nk'uko mwabisavye. Ng'iyo rero ingamiya yarungitswe n'Imana Allah kugira ibabere icemezo n'igitangaro, nimuyireke irishe aho ishatse kw'isi y'Imana Allah, ntimuzohirahire ngo muyikomakome ku nabi, kuko Imana Allah Yobaha ibihano bibabaza;

ٱللَّهِ لَكُمْ ءَايَةً فَذَرُوهَا تَأْكُلْ فِىٓ أَرْضِ ٱللَّهِ وَلَا تَمَسُّوهَا بِسُوٓءٍ فَيَأْخُذَكُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٧٣﴾

74. Nimwibuke kandi inema Imana Allah Yabahaye, igihe Yabaha kubaho mukurakuranwa inyuma y'aho Ihonereje Bene Aadi, Iranabatsimbataza kw'isi mu kwishira n'ukwizana, aho mwubaka inyubakwa amahanga mu kabande, mukanabaza ayandi mazu mu misozi. Kubera ivyo rero, nimwibuke inema Imana Allah Yabahaye, muheze muyishimire, kandi ntimuzogenzwe n'ubwononyi kw'isi".

وَٱذْكُرُوٓا۟ إِذْ جَعَلَكُمْ خُلَفَآءَ مِنۢ بَعْدِ عَادٍ وَبَوَّأَكُمْ فِى ٱلْأَرْضِ تَتَّخِذُونَ مِن سُهُولِهَا قُصُورًا وَتَنْحِتُونَ ٱلْجِبَالَ بُيُوتًا ۖ فَٱذْكُرُوٓا۟ ءَالَآءَ ٱللَّهِ وَلَا تَعْثَوْا۟ فِى ٱلْأَرْضِ مُفْسِدِينَ ﴿٧٤﴾

75. Abarongoye abagira amanyama bakihambaza mu bantu biwe, babwiye abemeramana mu bacinyijwe n'agasuzuguro n'akantu bati: "Mbega murazi vy'ukuri ko Swalehe yarungitswe n'Imana yiwe Rurema Allah kuri twebwe!". Barishuye ata gukekeranya bati: "Twebwe mu vy'ukuri turemanga, tukemera, tukanubahiriza ivyo yarungikanwe n'Imana Allah".

قَالَ ٱلْمَلَأُ ٱلَّذِينَ ٱسْتَكْبَرُوا۟ مِن قَوْمِهِۦ لِلَّذِينَ ٱسْتُضْعِفُوا۟ لِمَنْ ءَامَنَ مِنْهُمْ أَتَعْلَمُونَ أَنَّ صَٰلِحًا مُّرْسَلٌ مِّن رَّبِّهِۦ ۚ قَالُوٓا۟ إِنَّا بِمَآ أُرْسِلَ بِهِۦ مُؤْمِنُونَ ﴿٧٥﴾

76. Abarongoye abagira amanyama bakihambaza bavuze bati: "Twebwe, mu vy'ukuri turagararije ivyo mwemanze mukemera".

قَالَ ٱلَّذِينَ ٱسْتَكْبَرُوٓا۟ إِنَّا بِٱلَّذِىٓ ءَامَنتُم بِهِۦ كَٰفِرُونَ ﴿٧٦﴾

77. Ni ko guca rero baca imitsi ya nya ngamiya irahwera, bahonyanga ku bwishime ibwirizwa ry'Imana yabo Rurema Allah ryo kutayikomakoma ku nabi, baca babwira Swalehe bati: "Ewe Swalehe! Duhe rero vya bihano udusezeranira niwaba uri mu Ntumwa z'Imana Allah!".

فَعَقَرُوا۟ ٱلنَّاقَةَ وَعَتَوْا۟ عَنْ أَمْرِ رَبِّهِمْ وَقَالُوا۟ يَٰصَٰلِحُ ٱئْتِنَا بِمَا تَعِدُنَآ إِن كُنتَ مِنَ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿٧٧﴾

78. Ni ho rero Imana Allah Yabahanisha nyamugigima y'akataraboneka, bazinduka bose mu mazu yabo bahonye, ari ibiziga vyibereye aho.

فَأَخَذَتْهُمُ ٱلرَّجْفَةُ فَأَصْبَحُوا۟ فِى دَارِهِمْ جَٰثِمِينَ ﴿٧٨﴾

79. Bamaze guca imitsi ya nya ngamiya, Swalehe yarabirengagije hanyuma ababwira ati: "Bantu banje! Ni ukuri, narabashikirije ubutumwa bw'Imana yanje Rurema Allah, nita ku rutare ndanabahanura, ariko rero mwebwe ntimukunda ababahanura".

فَتَوَلَّىٰ عَنْهُمْ وَقَالَ يَٰقَوْمِ لَقَدْ أَبْلَغْتُكُمْ رِسَالَةَ رَبِّى وَنَصَحْتُ لَكُمْ وَلَٰكِن لَّا تُحِبُّونَ ٱلنَّٰصِحِينَ ﴿٧٩﴾

80. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Luutwi yabwira abantu biwe ati: "Murakenyeye mukore icaha c'agahomerabunwa kitigeze gikorwa aho hambere yanyu n'umuntu n'umwe mu biremwa!

وَلُوطًا إِذْ قَالَ لِقَوْمِهِۦٓ أَتَأْتُونَ ٱلْفَٰحِشَةَ مَا سَبَقَكُم بِهَا مِنْ أَحَدٍ مِّنَ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٨٠﴾

إِنَّكُمْ لَتَأْتُونَ ٱلرِّجَالَ شَهْوَةً مِّن دُونِ ٱلنِّسَآءِ ۚ بَلْ أَنتُمْ قَوْمٌ مُّسْرِفُونَ ﴿٨١﴾

81. Mu vy'ukuri, mwebwe murangurana amabanga y'abubatse n'abagabo nkamwe, mukirengagiza abakenyezi mwarekuriwe n'Imana Allah ko mworangurana amabanga y'abubatse, ahubwo rero mwebwe muri abantu bimonogoje mu kurenga ku mabwirizwa mu gutururuza ibishobisho".

وَمَا كَانَ جَوَابَ قَوْمِهِۦٓ إِلَّآ أَن قَالُوٓاْ أَخْرِجُوهُم مِّن قَرْيَتِكُمْ ۖ إِنَّهُمْ أُنَاسٌ يَتَطَهَّرُونَ ﴿٨٢﴾

82. Ico gihe nta nyishu yatanzwe n'abantu ba Luutwi kiretse ukubwirana hagati yabo bamushinyaguriza, bati: "Luutwi n'umuryango wiwe nimubirukane mu gisagara canyu. Mu vy'ukuri, bo ni abantu biyubashe".

فَأَنجَيْنَٰهُ وَأَهْلَهُۥٓ إِلَّا ٱمْرَأَتَهُۥ كَانَتْ مِنَ ٱلْغَٰبِرِينَ ﴿٨٣﴾

83. Ni ho Twebwe Allah Twategeka Luutwi n'umuryango wiwe kuva muri nya gisagara, Tukabarokora mu bihano vyari bigiye gushika, kiretse umugore wiwe yari mu bahonejwe n'ibihano.

وَأَمْطَرْنَا عَلَيْهِم مَّطَرًا ۖ فَٱنظُرْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلْمُجْرِمِينَ ﴿٨٤﴾

84. Twabahanishije rero imvura y'amabuye no kwubikwako igisagara cabo. Ntumwa y'Imana! Raba rero ukuntu iherezo ry'inkozi z'ikibi zihakana Intumwa zacu ryagenze.

وَإِلَىٰ مَدْيَنَ أَخَاهُمْ شُعَيْبًا ۚ قَالَ يَٰقَوْمِ ٱعْبُدُواْ ٱللَّهَ مَا لَكُم مِّنْ إِلَٰهٍ غَيْرُهُۥ ۖ قَدْ جَآءَتْكُم بَيِّنَةٌ مِّن رَّبِّكُمْ ۖ فَأَوْفُواْ ٱلْكَيْلَ وَٱلْمِيزَانَ وَلَا تَبْخَسُواْ ٱلنَّاسَ أَشْيَآءَهُمْ وَلَا تُفْسِدُواْ فِى ٱلْأَرْضِ بَعْدَ إِصْلَٰحِهَا ۚ ذَٰلِكُمْ خَيْرٌ لَّكُمْ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿٨٥﴾

85. Ni ukuri, Twebwe Allah Twaranatumye ku bwoko bwa "Madiyana" mwenewabo Shu'ayibu, araheza ababwira ati: "Bantu banje! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana mufise ikwiye gusengwa atari Yo, ni ukuri mwarashikiriwe n'ivyemezo bivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, nimutunganirize rero abantu mu gukwiza ingero n'iminzane; kandi ntimukagabanye na gato ku vyo bagenewe ngo mubarenganye, ntimukanagenzwe n'ubwononyi bwo kurenganya no kugarariza kw'isi, inyuma y'aho Intumwa z'aho hambere yanyu zitunganirije mu kwisunga iyumviramana. Ivyo ndabararikiye rero, harimwo ineza kuri mwebwe kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa nimwaba muvyemera, muvyubahiriza.

وَلَا تَقْعُدُواْ بِكُلِّ صِرَٰطٍ تُوعِدُونَ وَتَصُدُّونَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ مَنْ ءَامَنَ بِهِۦ وَتَبْغُونَهَا عِوَجًا ۚ وَٱذْكُرُوٓاْ إِذْ كُنتُمْ قَلِيلًا فَكَثَّرَكُمْ ۖ وَٱنظُرُواْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلْمُفْسِدِينَ ﴿٨٦﴾

86. Ntimugategerere abantu ku nzira, mubatera ubwoba bwo kwicwa mu gihe batabahaye amatungo yabo, muburagiza n'abemera Imana Allah kwinjira mw'idini ryayo, mwipfuza ko ridatumbera ukuri, rikubahirizwa nk'uko mubishaka. Nimwibuke kandi inema mwahawe n'Imana Allah igihe mwari inkehwa, Imana Allah Ikabagwiza mugaheza mukaba ibihangange, kandi murabe n'ukuntu iherezo ry'abagenzwa n'ubwononyi kw'isi ryagenze.

وَإِن كَانَ طَآئِفَةٌ مِّنكُمْ ءَامَنُواْ بِٱلَّذِىٓ أُرْسِلْتُ بِهِۦ وَطَآئِفَةٌ لَّمْ يُؤْمِنُواْ فَٱصْبِرُواْ حَتَّىٰ يَحْكُمَ ٱللَّهُ بَيْنَنَا ۚ وَهُوَ خَيْرُ ٱلْحَٰكِمِينَ ﴿٨٧﴾

87. Nihaba muri mwebwe hari umugwi wemeye ivyo narungikanwe n'Imana Allah, hari n'uwundi mugwi utigeze uvyemera. Nimutenyenye rero bahakanyi, murindire igihe Imana Allah Izoruducira, Ikababa ibihano nabagabishijeko. Ni na Yo rero Mwiza w'abacamanza batunganiriza ibiremwa.

88. Abarongoye abagira amanyama bakihambaza mu kutemera Imana Allah n'Intumwa yayo mu bantu ba Shu'aybu, bavuze bati: "Ni ukuri, dutegerezwa kukwangaza wewe Shu'ayibu hamwe n'abemeramana muri kumwe, mutuvire mu gisagara cacu, kiretse mu gihe mwogaruka mw'idini ryacu". Shu'ayibu arabishura abiyama ati: "Mbega ni gute twogaruka mw'idini ryanyu mu gihe tuzi neza ko rishingiye ku kinyoma, n'aho twobihatirwa rero, nta vyo twogira!;

۞قَالَ ٱلۡمَلَأُ ٱلَّذِينَ ٱسۡتَكۡبَرُواْ مِن قَوۡمِهِۦ لَنُخۡرِجَنَّكَ يَٰشُعَيۡبُ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مَعَكَ مِن قَرۡيَتِنَآ أَوۡ لَتَعُودُنَّ فِي مِلَّتِنَاۚ قَالَ أَوَلَوۡ كُنَّا كَٰرِهِينَ ٨٨

89. Ni ukuri, twoba turementanirije Imana Allah mu gihe twogaruka mw'idini ryanyu, inyuma y'aho Imana Allah Iridukuriyemwo. Ntibikabe rero ko tworigarukamwo, kiretse mu gihe Imana yacu Rurema Allah Yobishaka, Imana yacu Rurema Allah Irahetura ikintu ico ari co cose mu bumenyi, Irazi n'ibitunganye ku baja bayo, twaramaze rero kwizera Imana Allah. Mana yacu Rurema Allah! Ducire urw'ukuri twebwe hamwe n'abantu bacu. Burya Wewe, ni We Mwiza w'abacamanza".

قَدِ ٱفۡتَرَيۡنَا عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا إِنۡ عُدۡنَا فِي مِلَّتِكُم بَعۡدَ إِذۡ نَجَّىٰنَا ٱللَّهُ مِنۡهَاۚ وَمَا يَكُونُ لَنَآ أَن نَّعُودَ فِيهَآ إِلَّآ أَن يَشَآءَ ٱللَّهُ رَبُّنَاۚ وَسِعَ رَبُّنَا كُلَّ شَيۡءٍ عِلۡمًاۚ عَلَى ٱللَّهِ تَوَكَّلۡنَاۚ رَبَّنَا ٱفۡتَحۡ بَيۡنَنَا وَبَيۡنَ قَوۡمِنَا بِٱلۡحَقِّ وَأَنتَ خَيۡرُ ٱلۡفَٰتِحِينَ ٨٩

90. Abarongoye abagararije bagahakana isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah mu bantu ba Shu'ayibu, bavuze bagabisha ku gukurikira Shu'ayibu, bati: "Nimwaramuka mukurikiye Shu'ayibu, mu vy'ukuri muzoba muri mu ruhombo".

وَقَالَ ٱلۡمَلَأُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ مِن قَوۡمِهِۦ لَئِنِ ٱتَّبَعۡتُمۡ شُعَيۡبًا إِنَّكُمۡ إِذٗا لَّخَٰسِرُونَ ٩٠

91. Ni ho rero Imana Allah Yabahanisha nyamugigima y'akataraboneka, bazinduka bose mu mazu yabo bahonye, ari ibiziga vyibereye aho.

فَأَخَذَتۡهُمُ ٱلرَّجۡفَةُ فَأَصۡبَحُواْ فِي دَارِهِمۡ جَٰثِمِينَ ٩١

92. Abahakanye Shu'ayibu, barahonejwe nk'aho batigeze babaho ngo baryoherwe mu mihana yabo. Abahakanye Shu'ayibu, burya ni bo bahomvye kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ شُعَيۡبٗا كَأَن لَّمۡ يَغۡنَوۡاْ فِيهَاۚ ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ شُعَيۡبٗا كَانُواْ هُمُ ٱلۡخَٰسِرِينَ ٩٢

93. Shu'ayibu amaze kubona ko ibihano vyabo vyimirije, yarabirengagije aranababwira abinginga ati: "Ni ukuri, narabashikirije ubutumwa narungikanwe n'Imana yanje Rurema Allah, ndanabahanura ko mwonkurikira mw'idini ry'Imana Allah, maze ntimwanyumvira. None rero, ni gute notuntuzwa n'ubutumva bw'abantu bagarariza Imana Allah n'Intumwa zayo!".

فَتَوَلَّىٰ عَنۡهُمۡ وَقَالَ يَٰقَوۡمِ لَقَدۡ أَبۡلَغۡتُكُمۡ رِسَٰلَٰتِ رَبِّي وَنَصَحۡتُ لَكُمۡۖ فَكَيۡفَ ءَاسَىٰ عَلَىٰ قَوۡمٖ كَٰفِرِينَ ٩٣

94. Twebwe Allah, ntitwigeze Dutuma Intumwa n'imwe mu gisagara ico ari co cose, kugira irarikire abantu gusenga Imana Imwe Rudende Allah batayibangikanya, hanyuma bakayihakana, kiretse ko Twabagerageza Tukabatera ubukene n'ivyago, indwara n'amaganya, bakagorwa kugira bagaruke ku kuri, banatakambire n'Imana Allah.

وَمَآ أَرۡسَلۡنَا فِي قَرۡيَةٖ مِّن نَّبِيٍّ إِلَّآ أَخَذۡنَآ أَهۡلَهَا بِٱلۡبَأۡسَآءِ وَٱلضَّرَّآءِ لَعَلَّهُمۡ يَضَّرَّعُونَ ٩٤

95. Hanyuma rero, Twarabahindurira nya buzima bw'amagorwa, Tukabaha ubuzima buhimbaye gushika n'aho batunga bagatunganirwa, kugira bikebuke. Ha kwikebuka rero, bararendegeye barinamura bavuga bati: "Ivy'isi, ni uko bigenda! Imisi irasa ntingana. Abavyeyi bacu, na bo nyene barashikirwa n'indwara n'amaganya no

ثُمَّ بَدَّلۡنَا مَكَانَ ٱلسَّيِّئَةِ ٱلۡحَسَنَةَ حَتَّىٰ عَفَواْ وَّقَالُواْ قَدۡ مَسَّ ءَابَآءَنَا ٱلضَّرَّآءُ وَٱلسَّرَّآءُ فَأَخَذۡنَٰهُم بَغۡتَةٗ وَهُمۡ لَا

kuroranirwa mu buzima!". Muri ico gihe rero, Twaca Tubahana giturumbuka ata vyo bari biteze.

يَشْعُرُونَ ﴿٩٥﴾

96. Iyo abantu bo mu bisagara vyashikiriwe n'ubutumwa bemera Intumwa z'Imana barungikiwe, bakazikurikira, bakanubahiriza n'amabwirizwa y'Imana Allah, ni ukuri Twebwe Allah Twari kubugururira imiryango y'ivyiza bibabeshaho biturutse kw'icuncubuka ry'imvura izananye mu kirere ku gihe, bagaheza bakarima bakimbura, ariko rero barahakanye, Dushoka Tubahanira ivyaha vy'ivyo bari bararondeye kw'isi.

وَلَوْ أَنَّ أَهْلَ ٱلْقُرَىٰٓ ءَامَنُواْ وَٱتَّقَوْاْ لَفَتَحْنَا عَلَيْهِم بَرَكَٰتٍ مِّنَ ٱلسَّمَآءِ وَٱلْأَرْضِ وَلَٰكِن كَذَّبُواْ فَأَخَذْنَٰهُم بِمَا كَانُواْ يَكْسِبُونَ ﴿٩٦﴾

97. Mbega abantu bo mu bisagara vyashikiriwe n'ubutumwa, bibaza ko batekaniwe kudahanwa n'Imana Allah, ko batoshikirwa n'ibihano mu gihe baryamye!

أَفَأَمِنَ أَهْلُ ٱلْقُرَىٰٓ أَن يَأْتِيَهُم بَأْسُنَا بَيَٰتًا وَهُمْ نَآئِمُونَ ﴿٩٧﴾

98. Mbega abantu bo mu bisagara bibaza ko batekaniwe kudahanwa n'Imana Allah, batoshikirwa n'ibihano mu gihe bari mu mirimo ya misi yose mu gitondo[1] ata co binona!

أَوَأَمِنَ أَهْلُ ٱلْقُرَىٰٓ أَن يَأْتِيَهُم بَأْسُنَا ضُحًى وَهُمْ يَلْعَبُونَ ﴿٩٨﴾

99. Mbega abantu bo mu bisagara vyagararije, bibaza ko batekaniwe ku gutenyenya kw'Imana Allah mu kutabahana, Igaheza Ikabandanya kubaronsa inema zayo kugira Ibakwegere mu bihano bukebuke bakiri kw'isi! Burya nta wokwijajara ngo asye bwose ngo aratekaniwe ku kudahanwa n'Imana Allah, kiretse abantu bahomvye ubuzima bwabo.

أَفَأَمِنُواْ مَكْرَ ٱللَّهِ ۚ فَلَا يَأْمَنُ مَكْرَ ٱللَّهِ إِلَّا ٱلْقَوْمُ ٱلْخَٰسِرُونَ ﴿٩٩﴾

100. Mbega abakurakuranwa kuba kw'isi, inyuma y'ihonywa ry'abakurambere babo bitewe n'ivyaha bakoze, ntibarabona ko iyo Dushaka Twari kubahanira ibicumuro vyabo nk'abo hambere yabo, Tukanatera ikimangu c'ubuhakanyi ku mitima yabo, gutyo ntibashobore kwumva inyigisho ngo zibanyure!

أَوَلَمْ يَهْدِ لِلَّذِينَ يَرِثُونَ ٱلْأَرْضَ مِنۢ بَعْدِ أَهْلِهَآ أَن لَّوْ نَشَآءُ أَصَبْنَٰهُم بِذُنُوبِهِمْ ۚ وَنَطْبَعُ عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ فَهُمْ لَا يَسْمَعُونَ ﴿١٠٠﴾

101. Ntumwa y'Imana! Ivyo bisagara Tukudondaguriye rero[2], ivyashikiye ababibamwo birimwo urwibutso ku bibuka, harimwo n'igabisha ku ntumva. Ni ukuri, abantu bo muri nya bisagara barashikiriwe n'Intumwa zabo zibangikanije ivyemezo vyerekana ukuri kwazo, ariko ntibigeze bazemera ku kubera ihakana ryabo ry'ukuri bazaniwe. Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Yateye ikimangu ku mitima yabo ntibemera - Itera ikimangu ku mitima y'abagararije Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

تِلْكَ ٱلْقُرَىٰ نَقُصُّ عَلَيْكَ مِنْ أَنۢبَآئِهَا ۚ وَلَقَدْ جَآءَتْهُمْ رُسُلُهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ فَمَا كَانُواْ لِيُؤْمِنُواْ بِمَا كَذَّبُواْ مِن قَبْلُ ۚ كَذَٰلِكَ يَطْبَعُ ٱللَّهُ عَلَىٰ قُلُوبِ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿١٠١﴾

102. Abenshi mu bahakanyi bo muri ivyo bisagara, Twasanze ata n'isezerano bubahiriza, kandi twanasanze abenshi muri bo ari ibigaba birenga ku mabwirizwa yacu Twebwe Allah.

وَمَا وَجَدْنَا لِأَكْثَرِهِم مِّنْ عَهْدٍ ۖ وَإِن وَجَدْنَآ أَكْثَرَهُمْ لَفَٰسِقِينَ ﴿١٠٢﴾

---

[2] Imana Allah Yavuze canecane ibi bihe bibiri, igihe baryamye mw'ijoro n'igihe bari ku mirimo ya misi yose mu gitondo, kuko ibihano bishikira umuntu muri ivyo bihe, bibabaza cane bigatera agahinda.

[1] Ni ibisagara vy'abantu barungikiwe Nuhu, abarungikiwe Huudi, abarungikiwe Swalehe, abarungikiwe Luutwi n'abarungikiwe Shu'ayibu.

103. Ntumwa y'Imana! Mu nyuma y'izo Ntumwa rero, ni ho kandi Twatuma Musa mwene Amraani, Tumurungikana ivyemezo vyacu bigaragara kwa Firawuni n'abantu biwe, baraheza barirenganya mu kugarariza nya vyemezo. Ehe raba ukuntu Twabahanye, Tukabasomesha nturi bose! Iryo rero, ni ryo herezo ry'abagenzwa n'ubwononyi kw'isi.

ثُمَّ بَعَثْنَا مِنۢ بَعْدِهِم مُّوسَىٰ بِـَٔايَٰتِنَآ إِلَىٰ فِرْعَوْنَ وَمَلَإِيْهِۦ فَظَلَمُوا۟ بِهَا ۖ فَٱنظُرْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلْمُفْسِدِينَ ﴿١٠٣﴾

104. Musa yabwiye Firawuni ati: "Jewe mu vy'ukuri, ndi Intumwa ivuye ku Mana Rurema, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose.

وَقَالَ مُوسَىٰ يَٰفِرْعَوْنُ إِنِّى رَسُولٌ مِّن رَّبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿١٠٤﴾

105. Ndakwiye rero kutavuga kiretse ukuri ku vyerekeye Imana Allah. Ni ukuri, naje ndabazaniye icemezo kigaragara kivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, cerekana ukuri ku vyo ndababwira. Ewe Firawuni! Bohora rero Bene Israyeli, ureke kubacura bufuni na buhoro, mpeze ndabarongore mu nzira y'Imana Allah".

حَقِيقٌ عَلَىٰٓ أَن لَّآ أَقُولَ عَلَى ٱللَّهِ إِلَّا ٱلْحَقَّ ۚ قَدْ جِئْتُكُم بِبَيِّنَةٍ مِّن رَّبِّكُمْ فَأَرْسِلْ مَعِىَ بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ﴿١٠٥﴾

106. Firawuni araheza yishura Musa ati: "Niwaba wazanye icemezo nk'uko ubivuga, enda rero cerekane, niwaba uri mu mvugakuri ko uri Intumwa vy'ukuri".

قَالَ إِن كُنتَ جِئْتَ بِـَٔايَةٍ فَأْتِ بِهَآ إِن كُنتَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ﴿١٠٦﴾

107. Ni ho rero Musa yaterera inkoni yiwe hasi, ica ihinduka inzoka amahanga yigendera, abantu birabira;

فَأَلْقَىٰ عَصَاهُ فَإِذَا هِىَ ثُعْبَانٌ مُّبِينٌ ﴿١٠٧﴾

108. Araheza kandi ashira ikiganza ciwe mu kwaha, agize ngo aragikuyeyo, caje cererana gisayangana cane[1] abari ng'aho birabira, barumirwa.

وَنَزَعَ يَدَهُۥ فَإِذَا هِىَ بَيْضَآءُ لِلنَّٰظِرِينَ ﴿١٠٨﴾

109. Indongozi mu bantu ba Firawuni, ni ho zabwira abari ng'aho ziti: "Mu vy'ukuri, Musa ni umurozi karuhariwe;

قَالَ ٱلْمَلَأُ مِن قَوْمِ فِرْعَوْنَ إِنَّ هَٰذَا لَسَٰحِرٌ عَلِيمٌ ﴿١٠٩﴾

110. Ashaka kubomora mwese abakure mu gihugu canyu". Ni ho Firawuni yaca avuga ati: "None mumpanuye gukora iki, ku vyerekeye Musa?".

يُرِيدُ أَن يُخْرِجَكُم مِّنْ أَرْضِكُمْ ۖ فَمَاذَا تَأْمُرُونَ ﴿١١٠﴾

111. Za ndongozi ziraheza zimuhanura ziti: "Musa na murumunawe Haruna, bahe irindi sango ryo guhurirako, maze utume abararika abantu mu bisagara vyose vyo muri Misiri;

قَالُوٓا۟ أَرْجِهْ وَأَخَاهُ وَأَرْسِلْ فِى ٱلْمَدَآئِنِ حَٰشِرِينَ ﴿١١١﴾

112. Baheze begeranye zina mukonikoni wese karuhariwe mu bukonikoni, bamukuzanire".

يَأْتُوكَ بِكُلِّ سَحَّارٍ عَلِيمٍ ﴿١١٢﴾

113. Ku musi uri izina, ni ho rero nya bakonikoni karuhariwe baza kwa Firawuni, baraheza bamubaza bati: "Mbega none, ubwo duhava turonka agashimwe gashimishije, nitwaramuka dutsinze Musa?".

وَجَآءَ ٱلسَّحَرَةُ فِرْعَوْنَ قَالُوٓا۟ إِنَّ لَنَا لَأَجْرًا إِن كُنَّا نَحْنُ ٱلْغَٰلِبِينَ ﴿١١٣﴾

114. Na we abishura ati: "Ego cane! Kandi muzoba muri no mu batoni bari hambavu yanje (abishikira)".

قَالَ نَعَمْ وَإِنَّكُمْ لَمِنَ ٱلْمُقَرَّبِينَ ﴿١١٤﴾

[1] Ico gitangaro mu kugikora, Musa yashira ikiganza mu kwaha, akagikurayo cererana gisayangana cane; yagisubizayo kandi, akagikurayo gisa n'ibara ry'ibindi bihimba vy'umubiri wiwe.

115. Ba bakonikoni babwira Musa bamubaza n'ubwishime n'akantu bati: "Ewe Musa! Wipfuza ko ari wewe wotangura guterera hasi inkoni yawe, canke ko ari twebwe twotangura?".

قَالُواْ يَٰمُوسَىٰٓ إِمَّآ أَن تُلۡقِيَ وَإِمَّآ أَن نَّكُونَ نَحۡنُ ٱلۡمُلۡقِينَ ١١٥

116. Musa abishura ati: "Nipfuza ko ari mwebwe mwotangura". Bamaze guterera hasi imizana n'inkoni vyabo, barahunitse abantu bose bari ng'aho, ntibaba bakibona nya mizana na nya nkoni nk'uko bisanzwe, baraheza rero kandi babatera n'ubwoba bakoresheje uburozi buhanitse.

قَالَ أَلۡقُواْۖ فَلَمَّآ أَلۡقَوۡاْ سَحَرُوٓاْ أَعۡيُنَ ٱلنَّاسِ وَٱسۡتَرۡهَبُوهُمۡ وَجَآءُو بِسِحۡرٍ عَظِيمٖ ١١٦

117. Ni naho Imana Allah Yahishurira Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Imubwiriza Iti: "Terera inkoni yawe hasi". Musa, amaze guterera nya nkoni hasi, ya nkoni yaciye imiragura ivyo batereye hasi vyose, ivyari vyakanze abantu babona ko ari ivy'ukuri kandi ari ikinyoma ceruye.

۞وَأَوۡحَيۡنَآ إِلَىٰ مُوسَىٰٓ أَنۡ أَلۡقِ عَصَاكَۖ فَإِذَا هِيَ تَلۡقَفُ مَا يَأۡفِكُونَ ١١٧

118. Ico gihe, ukuri kwaragaragaye ku bari ng'aho ko Musa ari Intumwa y'Imana vy'ukuri. Ikinyoma cagizwe na ba bakonikoni na co, carabatekurukanye, gikubitirwa ahabona maze barahinyuka.

فَوَقَعَ ٱلۡحَقُّ وَبَطَلَ مَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ١١٨

119. Muri iryo koraniro rero, abakonikoni bose baratsinzwe, maze Firawuni n'abantu biwe basubira inyuma basuzuguritse (ubwanwa bwapfutse umunwa).

فَغُلِبُواْ هُنَالِكَ وَٱنقَلَبُواْ صَٰغِرِينَ ١١٩

120. Ni ho rero ba bakonikoni baca bubamira Imana Allah;

وَأُلۡقِيَ ٱلسَّحَرَةُ سَٰجِدِينَ ١٢٠

121. Bavuga bati: "Twemeye Imana Rurema, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;

قَالُوٓاْ ءَامَنَّا بِرَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٢١

122. Imana Rurema ya Musa na murumunawe Haruna".

رَبِّ مُوسَىٰ وَهَٰرُونَ ١٢٢

123. Firawuni n'ishavu n'akantu yaciye avuga ababwira ati: "Mbega mwemeye iyo Mana imbere yuko ndabarekurira kuyemera! Mu vy'ukuri, ukwo kwemera kwanyu, ni umugambi mubi mwateguye mufatanije na Musa, kugira mwomore ababa muri iki gisagara, muheze mucigarurire. Kubera ivyo rero, mugiye kwibonerako ingaruka y'ivyo mwakoze;

قَالَ فِرۡعَوۡنُ ءَامَنتُم بِهِۦ قَبۡلَ أَنۡ ءَاذَنَ لَكُمۡۖ إِنَّ هَٰذَا لَمَكۡرٞ مَّكَرۡتُمُوهُ فِي ٱلۡمَدِينَةِ لِتُخۡرِجُواْ مِنۡهَآ أَهۡلَهَاۖ فَسَوۡفَ تَعۡلَمُونَ ١٢٣

124. Ntegerezwa kubaca amaboko n'amaguru binyuranije; ndabace ukuboko kw'ukuryo hamwe n'ukuguru kw'ukubamfu, ukuboko kw'ukubamfu hamwe n'ukuguru kw'ukuryo, hanyuma mpeze ndababambe mwese ku bishitsi vy'igiti".

لَأُقَطِّعَنَّ أَيۡدِيَكُمۡ وَأَرۡجُلَكُم مِّنۡ خِلَٰفٖ ثُمَّ لَأُصَلِّبَنَّكُمۡ أَجۡمَعِينَ ١٢٤

125. Ba bakonikoni baraheza bishura Firawuni batekaniwe bati: "Twebwe mu vy'ukuri, twamaze kumenya ko tuzosubira ku Mana yacu Rurema Allah;

قَالُوٓاْ إِنَّآ إِلَىٰ رَبِّنَا مُنقَلِبُونَ ١٢٥

126. Nta n'ico uduhoye kiretse ko twemeye ivyemezo vy'Imana yacu Rurema Allah twashikirijwe na Musa. Mana yacu Rurema Allah! Duhe ukwihangana no gutsimbatara ku kwemera, Wongere Uzoturengutse hageze gupfa turi abislamu bicisha bugufi".

وَمَا تَنقِمُ مِنَّآ إِلَّآ أَنْ ءَامَنَّا بِـَٔايَـٰتِ رَبِّنَا لَمَّا جَآءَتْنَا ۚ رَبَّنَآ أَفْرِغْ عَلَيْنَا صَبْرًا وَتَوَفَّنَا مُسْلِمِينَ ﴿١٢٦﴾

127. Indongozi mu bantu ba Firawuni, zarahejeje zibwira Firawuni ziti: "Ubu urakenyeye ureke Musa n'abamukurikiye muri Bene Israyeli bidegemvye, kugira bonone igihugu ca Misiri mu guhindura idini ryacu, baheze basenge Imana Imwe Rudende Allah, bavavanure n'isengwa ryawe hamwe n'iry'ibigirwamana vyawe!". Firawuni araheza azishura ati: "Tugiye kubahasha mu kwica abana b'abahungu muri Bene Israyeli, duheze dusigaze gusa abana b'abakobwa kugira tubagire abajakazi bacu, kandi mu vy'ukuri twebwe tuzobatsinda, tubaganze dukoresheje inguvu z'ubutegetsi".

وَقَالَ ٱلْمَلَأُ مِن قَوْمِ فِرْعَوْنَ أَتَذَرُ مُوسَىٰ وَقَوْمَهُۥ لِيُفْسِدُوا۟ فِى ٱلْأَرْضِ وَيَذَرَكَ وَءَالِهَتَكَ ۚ قَالَ سَنُقَتِّلُ أَبْنَآءَهُمْ وَنَسْتَحْىِۦ نِسَآءَهُمْ وَإِنَّا فَوْقَهُمْ قَـٰهِرُونَ ﴿١٢٧﴾

128. Musa na we araheza abwira abantu biwe muri Bene Israyeli ati: "Nimwifashishe Imana Allah mu guhangana n'agacinyizo ka Firawuni n'abantu biwe, muheze mwihanganire amabi yose abakorera. Mu vy'ukuri, isi ni iy'Imana Allah, Iyitsimbatazako uwo Ishatse mu baja bayo. Burya amaherezo meza, ni ay'abagamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo".

قَالَ مُوسَىٰ لِقَوْمِهِ ٱسْتَعِينُوا۟ بِٱللَّهِ وَٱصْبِرُوٓا۟ ۖ إِنَّ ٱلْأَرْضَ لِلَّهِ يُورِثُهَا مَن يَشَآءُ مِنْ عِبَادِهِۦ ۖ وَٱلْعَـٰقِبَةُ لِلْمُتَّقِينَ ﴿١٢٨﴾

129. Abantu ba Musa muri Bene Israyeli, baraheza bamubwira n'umwiheburo n'akantu bati: "Twarageragejwe na Firawuni, turabangamirwa mu kwicirwa abana bacu b'abahungu, hagasigazwa abana bacu b'abakobwa bagirwa abajakazi. Ivyo vyadushikiye imbere yuko uza n'inyuma y'aho uziye". Musa ababwira ati: "Hari n'aho Imana yanyu Rurema Allah Yohonya abansi banyu, maze mukabasubirira, Imana Allah Ikabatsimbataza kw'isi kugira Irabe uko mwigenza; ko mwoshima ingabirano zayo canke mukazigarariza!".

قَالُوٓا۟ أُوذِينَا مِن قَبْلِ أَن تَأْتِيَنَا وَمِنۢ بَعْدِ مَا جِئْتَنَا ۚ قَالَ عَسَىٰ رَبُّكُمْ أَن يُهْلِكَ عَدُوَّكُمْ وَيَسْتَخْلِفَكُمْ فِى ٱلْأَرْضِ فَيَنظُرَ كَيْفَ تَعْمَلُونَ ﴿١٢٩﴾

130. Ni ukuri, Twebwe Allah Twarageragejwe Firawuni n'abantu biwe, Turaheza Tubahanisha inzara, amapfa no gukehanirwa n'umwimbu w'ivyamwa n'ibiterwa mbumbarugo, kugira bikebuke, bagaruke ku Mana Allah.

وَلَقَدْ أَخَذْنَآ ءَالَ فِرْعَوْنَ بِٱلسِّنِينَ وَنَقْصٍ مِّنَ ٱلثَّمَرَٰتِ لَعَلَّهُمْ يَذَّكَّرُونَ ﴿١٣٠﴾

131. Firawuni n'abantu biwe, igihe cose bashikiwe n'ivyiza, baca bavuga bati: "Ibi tubironse kuko tubikwiye". Baramutse naho bashikiwe n'amapfa, baca bidogera Musa bati: "Ibi bidushikiye kubera Musa n'abari kumwe na we baduhumiye". Emwe! Ivyabashikiye vyose, vyabashikira nk'uko vyagezwe n'Imana Allah, bitewe n'ibicumuro n'igarariza vyabo, ariko abenshi mu bantu ba Firawuni nta vyo bazi.

فَإِذَا جَآءَتْهُمُ ٱلْحَسَنَةُ قَالُوا۟ لَنَا هَـٰذِهِۦ ۖ وَإِن تُصِبْهُمْ سَيِّئَةٌ يَطَّيَّرُوا۟ بِمُوسَىٰ وَمَن مَّعَهُۥٓ ۗ أَلَآ إِنَّمَا طَـٰٓئِرُهُمْ عِندَ ٱللَّهِ وَلَـٰكِنَّ أَكْثَرَهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿١٣١﴾

132. Abantu ba Firawuni babwiye Musa bati: “Icemezo ico ari co cose wotuzanira ngo tuve mw’idini rya Firawuni, nta co turota twemera ngo tugukurikire”.

وَقَالُواْ مَهۡمَا تَأۡتِنَا بِهِۦ مِنۡ ءَايَةٖ لِّتَسۡحَرَنَا بِهَا فَمَا نَحۡنُ لَكَ بِمُؤۡمِنِينَ ١٣٢

133. Ni ho rero Twebwe Allah, Twabarungikira umwuzurira maze uhitana ibiterwa n’ivyamwa. Twaranabarungikiye inzige zirya ikintu ico ari co cose zishikiriye: ibiterwa, imiryango, urusenge n’impuzu; Tubarungikira n’udukoko turya ibiterwa n’ibitungwa; Tubarungikira n’ibikere bikwiragira hose: mu bikoresho, mu mfungurwa no mu busaswa; Twaranahinduye inzuzi n’amariba bicika amaraso, ntibaheza ngo baronke amazi yo gukoresha. Ivyo vyose rero, vyari ivyemezo n’ibitangaro vyabashikiye mu bihe bitandukanye bivuye ku Mana Allah, ariko baragize amanyama ntibemera. Kira noneho, bari no mu bantu b’inkozi z’ikibi, barenga ku mabwirizwa y’Imana Allah.

فَأَرۡسَلۡنَا عَلَيۡهِمُ ٱلطُّوفَانَ وَٱلۡجَرَادَ وَٱلۡقُمَّلَ وَٱلضَّفَادِعَ وَٱلدَّمَ ءَايَٰتٖ مُّفَصَّلَٰتٖ فَٱسۡتَكۡبَرُواْ وَكَانُواْ قَوۡمٗا مُّجۡرِمِينَ ١٣٣

134. Igihe bashikirwa n’ibihano rero, baratekewe n’ubwoba baca bitura Musa bati: “Ewe Musa! Dusabire Imana yawe Rurema Allah ku vyo wahishuriwe ko ibihano bikurwaho n’ukwigaya. Uramutse udukuyeko ibihano turimwo, ni ukuri tuzoca tukwemera ko uri Intumwa, duheze turekurire Bene Israyeli bagukurikire, ntibaburagizwe kuja aho bashatse hose”.

وَلَمَّا وَقَعَ عَلَيۡهِمُ ٱلرِّجۡزُ قَالُواْ يَٰمُوسَى ٱدۡعُ لَنَا رَبَّكَ بِمَا عَهِدَ عِندَكَۖ لَئِن كَشَفۡتَ عَنَّا ٱلرِّجۡزَ لَنُؤۡمِنَنَّ لَكَ وَلَنُرۡسِلَنَّ مَعَكَ بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ ١٣٤

135. Igihe Twebwe Allah Twabakurako vy’agateganyo ibihano mu kiringo gito, mu kurindira isango bazohanirwako mu gusomeshwa nturi, baciye barenga kw’isezerano ryo kwemera Imana Allah.

فَلَمَّا كَشَفۡنَا عَنۡهُمُ ٱلرِّجۡزَ إِلَىٰٓ أَجَلٍ هُم بَٰلِغُوهُ إِذَا هُمۡ يَنكُثُونَ ١٣٥

136. Ni ho rero Twashoka Tubihora hageze nya sango ryo guhanwa, Turabasomesha nturi mu kiyaga kubera ihakana ryabo ry’ibitangaro vyacu. Kira noneho, bari no mu bavyirengagiza bakigira ba sindabibazwa.

فَٱنتَقَمۡنَا مِنۡهُمۡ فَأَغۡرَقۡنَٰهُمۡ فِي ٱلۡيَمِّ بِأَنَّهُمۡ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا وَكَانُواْ عَنۡهَا غَٰفِلِينَ ١٣٦

137. Abari baracinyijwe muri Bene Israyeli, bakagirwa abaja ba Firawuni, Twarabaraze igihugu co mu buseruko n’ico mu burengero bw’isi (Misiri na Shaamu), ari na vyo bihugu Twahezagiye bikagira isi ndimwa y’akanovera n’inzuzi, gutyo ijambo ry’isezerano ry’Imana yawe Rurema Allah ryo kubohoza no gutsimbataza Bene Israyeli bihanganiye Firawuni, riba riratunganye; Turaheza rero Duhonya ivyaranguwe na Firawuni n’abantu biwe, Tunasenyura n’inyubakwa bubatse.

وَأَوۡرَثۡنَا ٱلۡقَوۡمَ ٱلَّذِينَ كَانُواْ يُسۡتَضۡعَفُونَ مَشَٰرِقَ ٱلۡأَرۡضِ وَمَغَٰرِبَهَا ٱلَّتِي بَٰرَكۡنَا فِيهَاۖ وَتَمَّتۡ كَلِمَتُ رَبِّكَ ٱلۡحُسۡنَىٰ عَلَىٰ بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ بِمَا صَبَرُواْۖ وَدَمَّرۡنَا مَا كَانَ يَصۡنَعُ فِرۡعَوۡنُ وَقَوۡمُهُۥ وَمَا كَانُواْ يَعۡرِشُونَ ١٣٧

138. Twarajabukishije Bene Israyeli ibahari, maze baca ku bantu biyeguriye gusenga ibigirwamana, ni ho bavuga bati: “Ewe Musa! Tugirire na twe ikigirwamana dusenga nk’uko aba bafise ikigirwamana basenga”. Musa araheza abishura ati: “Mu vy’ukuri, mwebwe muri ibijuju ruhebwa,

وَجَٰوَزۡنَا بِبَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ ٱلۡبَحۡرَ فَأَتَوۡاْ عَلَىٰ قَوۡمٖ يَعۡكُفُونَ عَلَىٰٓ أَصۡنَامٖ لَّهُمۡۚ قَالُواْ

bidatahura icubahiro c'Imana Allah ngo bimenye ko ata kintu na kimwe gikwiye gusengwa atari Yo;

يَٰمُوسَى ٱجۡعَل لَّنَآ إِلَٰهٗا كَمَا لَهُمۡ ءَالِهَةٞۚ قَالَ إِنَّكُمۡ قَوۡمٞ تَجۡهَلُونَ ١٣٨

139. Mu vy'ukuri, aba biyeguriye ibigirwamana, ibangikanyamana ryabo rizohonywa, ivyo bakora mu gusenga, ni ibintazi ni n'ubuhuvyi".

إِنَّ هَٰٓؤُلَآءِ مُتَبَّرٞ مَّا هُمۡ فِيهِ وَبَٰطِلٞ مَّا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ١٣٩

140. Musa yabandanije ababwira ati: "Mbega hari ikitari Imana Allah nobipfuriza ko musenga, kandi ari Yo Yabaremye Ikabahesha icubahiro gisumba ibindi biremwa mu gihe canyu; mu kubarungikamwo Intumwa nyinshi, mu guhonya abansi banyu hamwe no kubereka ibitangaro!".

قَالَ أَغَيۡرَ ٱللَّهِ أَبۡغِيكُمۡ إِلَٰهٗا وَهُوَ فَضَّلَكُمۡ عَلَى ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٤٠

141. Bene Israyeli! Nimwibuke inema zacu Twebwe Allah Twabahaye, igihe Twabakura mu buja bwa Firawuni n'abantu biwe, Tukababakurako ibihano bisuzuguza vyo kwica abana banyu b'abahungu, hagasigazwa abana banyu b'abakobwa kugira babagire abajakazi. Muri ivyo vyose rero, harimwo igeragezwa rihambaye rivuye ku Mana yanyu Rurema Allah.

وَإِذۡ أَنجَيۡنَٰكُم مِّنۡ ءَالِ فِرۡعَوۡنَ يَسُومُونَكُمۡ سُوٓءَ ٱلۡعَذَابِ يُقَتِّلُونَ أَبۡنَآءَكُمۡ وَيَسۡتَحۡيُونَ نِسَآءَكُمۡۚ وَفِي ذَٰلِكُم بَلَآءٞ مِّن رَّبِّكُمۡ عَظِيمٞ ١٤١

142. Mwibuke n'igihe Twaha Musa isezerano ryo kuvugana n'Imana Allah mu majoro mirongo itatu, hanyuma Turaheza Twongerako ayandi majoro cumi, gutyo ikiringo c'amajoro mirongo ine yagenewe n'Imana yiwe Rurema Allah kiba kirakwiye. Ni ho rero Musa yaheza abwira murumunawe Haruna ati: "Mbera icariho mu bantu banje gushika aho nzogarukira, uheze ubararikire kwumvira Imana Allah no kuyisenga, kandi ntuzohirahire ngo ukurikire inzira y'abagenzwa n'ubwononyi kw'isi".

۞وَوَٰعَدۡنَا مُوسَىٰ ثَلَٰثِينَ لَيۡلَةٗ وَأَتۡمَمۡنَٰهَا بِعَشۡرٖ فَتَمَّ مِيقَٰتُ رَبِّهِۦٓ أَرۡبَعِينَ لَيۡلَةٗۚ وَقَالَ مُوسَىٰ لِأَخِيهِ هَٰرُونَ ٱخۡلُفۡنِي فِي قَوۡمِي وَأَصۡلِحۡ وَلَا تَتَّبِعۡ سَبِيلَ ٱلۡمُفۡسِدِينَ ١٤٢

143. Igihe rero Musa yaza, ikiringo c'amajoro mirongo ine kimaze gukwira, maze Imana yiwe Rurema Allah Ikavugana na we mu kumuhishurira amabwirizwa yayo, yaripfuje kubona Imana Allah imbona nkubone, aca avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Nyiyereke ndakubone". Imana Allah Iraheza Imwishura Iti: "Ntushobora kumbona mu buzima bwo kw'isi! Ariko raba urya musozi, ninawiyereka ugashobora kuguma nk'uko uri, muri ico gihe na we urashobora kumbona". Imana yiwe Rurema Allah Imaze kwiyereka nya musozi waciye usenyuka urayoka, Musa na we aca agwa igihumura araraba. Amaze kurabuka, aca avuga ati: "Ininahazwa ni iryawe Mana! Ndigaye kugusaba kukubona imbona nkubone kw'isi, kandi jewe ndi n'uwa mbere mu bemeramana mu bantu banje".

وَلَمَّا جَآءَ مُوسَىٰ لِمِيقَٰتِنَا وَكَلَّمَهُۥ رَبُّهُۥ قَالَ رَبِّ أَرِنِيٓ أَنظُرۡ إِلَيۡكَۚ قَالَ لَن تَرَىٰنِي وَلَٰكِنِ ٱنظُرۡ إِلَى ٱلۡجَبَلِ فَإِنِ ٱسۡتَقَرَّ مَكَانَهُۥ فَسَوۡفَ تَرَىٰنِيۚ فَلَمَّا تَجَلَّىٰ رَبُّهُۥ لِلۡجَبَلِ جَعَلَهُۥ دَكّٗا وَخَرَّ مُوسَىٰ صَعِقٗاۚ فَلَمَّآ أَفَاقَ قَالَ سُبۡحَٰنَكَ تُبۡتُ إِلَيۡكَ وَأَنَا۠ أَوَّلُ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ١٤٣

144. Imana Allah Yabwiye Musa Iti: "Jewe mu vy'ukuri, Naragutoye mu bantu Ndakurungikana ubutumwa bwanje

قَالَ يَٰمُوسَىٰٓ إِنِّي ٱصۡطَفَيۡتُكَ عَلَى ٱلنَّاسِ

ngo ububashikirize, Ndanavugana na we ukuri kwamye. Kubera ivyo rero, fata nkama ivyo Naguhaye uvyubahirize, uheze ube mu bashima".

بِرِسَٰلَٰتِي وَبِكَلَٰمِي فَخُذْ مَآ ءَاتَيْتُكَ وَكُن مِّنَ ٱلشَّٰكِرِينَ ﴿١٤٤﴾

145. Twebwe Allah, Twarahaye Musa muri Tawurati ingingo nkenerwa mw'idini ryiwe, kugira zibe urwibutso n'itomora ry'amabwirizwa y'ibirekuwe n'ibizira, ukwemera n'inkuru z'ab'aho hambere. Musa! Kubera ivyo rero, fata nkama ayo mabwirizwa, uheze uyubahirize ata guhesha, unabwirize n'abantu bawe warungitsweko kuyubahiriza. Uwuzohirahira muri bo akayarengako, Nzoheza Ndamwereke mu buzima bw'inyuma yo gupfa icumbi ry'ibigaba birenga ku mabwirizwa yanje.

وَكَتَبْنَا لَهُۥ فِي ٱلْأَلْوَاحِ مِن كُلِّ شَىْءٍ مَّوْعِظَةً وَتَفْصِيلًا لِّكُلِّ شَىْءٍ فَخُذْهَا بِقُوَّةٍ وَأْمُرْ قَوْمَكَ يَأْخُذُوا۟ بِأَحْسَنِهَا سَأُو۟رِيكُمْ دَارَ ٱلْفَٰسِقِينَ ﴿١٤٥﴾

146. Abagira amanyama mu kutanyumvira Jewe Allah, bakanishima ku bandi kw'isi mu guhonyanga agateka kabo, Nzokebanya imishaha yabo mu kudatahura Aayah n'ivyemezo vyanje vyerekana ukuri kw'amabwirizwa yanje. Iyo babonye icemezo ico ari co cose rero, ntibaheza ngo bacemere ku kugabitanya. Iyo babonye inzira y'ubugororotsi, ntibayikurikira namba, babona inzira y'ubuhuvyi bakayikurikira. Ivyo rero bigaterwa n'uko bahakanye bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyacu, bakanavyirengagiza bakigira ba sindabibazwa.

سَأَصْرِفُ عَنْ ءَايَٰتِيَ ٱلَّذِينَ يَتَكَبَّرُونَ فِي ٱلْأَرْضِ بِغَيْرِ ٱلْحَقِّ وَإِن يَرَوْا۟ كُلَّ ءَايَةٍ لَّا يُؤْمِنُوا۟ بِهَا وَإِن يَرَوْا۟ سَبِيلَ ٱلرُّشْدِ لَا يَتَّخِذُوهُ سَبِيلًا وَإِن يَرَوْا۟ سَبِيلَ ٱلْغَىِّ يَتَّخِذُوهُ سَبِيلًا ۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ كَذَّبُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا وَكَانُوا۟ عَنْهَا غَٰفِلِينَ ﴿١٤٦﴾

147. Abahakanye bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyacu, bagahakana n'uko bazohura n'Imana Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ibikorwa vyabo bizocika impfagusa kuko batemera Imana Allah. Mbega none muri ico gihe, ugira ngo bazohembwa kiretse ku bikorwa bari barakoze kw'isi!

وَٱلَّذِينَ كَذَّبُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا وَلِقَآءِ ٱلْءَاخِرَةِ حَبِطَتْ أَعْمَٰلُهُمْ ۚ هَلْ يُجْزَوْنَ إِلَّا مَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١٤٧﴾

148. Inyuma y'aho Musa agiriye kuvugana n'Imana Allah, abantu biwe bafashe igishusho c'ishashi y'inka cabumbwe mu nzahabu n'uwitwa Al-Saamiriy, umuyaga wahuhuta kikamoka nk'inka, baraheza bakigira ikigirwamana baragisenga. Mbega ntibamenye ko ico gishusho c'ishashi y'inka kidashoboye kubavugisha, vyongeye kitanashoboye no kubarongora mu nzira nziza! Barahejeje rero bakigira ikigirwamana, bari no mu birenganije mu gusenga ikitari Imana Allah.

وَٱتَّخَذَ قَوْمُ مُوسَىٰ مِنۢ بَعْدِهِۦ مِنْ حُلِيِّهِمْ عِجْلًا جَسَدًا لَّهُۥ خُوَارٌ ۚ أَلَمْ يَرَوْا۟ أَنَّهُۥ لَا يُكَلِّمُهُمْ وَلَا يَهْدِيهِمْ سَبِيلًا ۘ ٱتَّخَذُوهُ وَكَانُوا۟ ظَٰلِمِينَ ﴿١٤٨﴾

149. Bene Israyeli basenze nya gishusho c'ishashi y'inka mu gishingo c'Imana Allah, igihe baboneye neza ko mu vy'ukuri bahuvye inzira bakicuza, bahavuye bigaya, bavuga bati: "Imana yacu Rurema Allah, nitatugirira impuhwe Ikatwakirira ukwigaya kwacu, Ikanatugumiriza akabanga ku vyaha vyacu ntibiduhanire, ni ukuri tuzoba turi mu bantu bahomvye ubuzima bwabo".

وَلَمَّا سُقِطَ فِىٓ أَيْدِيهِمْ وَرَأَوْا۟ أَنَّهُمْ قَدْ ضَلُّوا۟ قَالُوا۟ لَئِن لَّمْ يَرْحَمْنَا رَبُّنَا وَيَغْفِرْ لَنَا لَنَكُونَنَّ مِنَ ٱلْخَٰسِرِينَ ﴿١٤٩﴾

150. Musa amaze kugaruka ku bantu biwe, yaje yishwe n'ishavu n'intuntu n'akantu, kuko Imana Allah Yari Yamubwiye ko Yagerageje abantu biwe, n'uko Al-Saamiriy yamaze kubahubisha. Musa yarahejeje avuga ati: "Ni agahebuza, ni bibi cane ivyo mwasigaye murankorera inyuma y'aho ngiriye! Mbega mwihutiye gushaka ko ngaruka gihutihuti, ntimwaheza ngo mundindire nk'uko mwasezeraniwe n'Imana yanyu Rurema Allah?". Ni ho Musa yaterera hasi Imizingo ya Tawurati, aca afata n'ishavu n'akantu murumunawe Haruna mu kanigo aramujegeza. Haruna ni ho yamwinginga ati: "Mwana wa mama! Ni ukuri, abantu bari aho barampahaje bahakwa no kunyica, enda reka kunkekeza ntitwihe amenyo y'abatwenzi mu bansi bacu, kandi ntutwarwe n'agashavu ngo unshire mu bantu birenganije bagaca kubiri n'ibwirizwa ryawe, bagasenga igishusho c'ishashi y'inka".

وَلَمَّا رَجَعَ مُوسَىٰٓ إِلَىٰ قَوۡمِهِۦ غَضۡبَٰنَ أَسِفٗا قَالَ بِئۡسَمَا خَلَفۡتُمُونِي مِنۢ بَعۡدِيٓۖ أَعَجِلۡتُمۡ أَمۡرَ رَبِّكُمۡۖ وَأَلۡقَى ٱلۡأَلۡوَاحَ وَأَخَذَ بِرَأۡسِ أَخِيهِ يَجُرُّهُۥٓ إِلَيۡهِۚ قَالَ ٱبۡنَ أُمَّ إِنَّ ٱلۡقَوۡمَ ٱسۡتَضۡعَفُونِي وَكَادُواْ يَقۡتُلُونَنِي فَلَا تُشۡمِتۡ بِيَ ٱلۡأَعۡدَآءَ وَلَا تَجۡعَلۡنِي مَعَ ٱلۡقَوۡمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ١٥٠

151. Musa amaze gutahura uko vyagenze, yavuze ati: "Mana yanje Rurema Allah! Mbabarira itwarwa ryanje n'agashavu, Wongere Ubabarire murumunanje ivyamushikiye, Unadushire twempi mu mpuhwe zawe. Burya Wewe ni We Urangwa n'impuhwe kurusha abagirampuhwe bose".

قَالَ رَبِّ ٱغۡفِرۡ لِي وَلِأَخِي وَأَدۡخِلۡنَا فِي رَحۡمَتِكَۖ وَأَنتَ أَرۡحَمُ ٱلرَّٰحِمِينَ ١٥١

152. Mu vy'ukuri, abafashe igishusho c'ishashi y'inka bakagisenga, bazoshikirwa n'ishavu ry'Imana yabo Rurema Allah, banasuzugurike mu buzima bwo kw'isi kubera igarariza ry'Imana Allah. Ni nk'ukwo nyene rero Duhemba abarementanya ivyadukano mw'idini.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ٱتَّخَذُواْ ٱلۡعِجۡلَ سَيَنَالُهُمۡ غَضَبٞ مِّن رَّبِّهِمۡ وَذِلَّةٞ فِي ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَاۚ وَكَذَٰلِكَ نَجۡزِي ٱلۡمُفۡتَرِينَ ١٥٢

153. Nayo abakoze ivyaha, mu nyuma bakagaruka ku Mana Allah bakigaya bakanayemera, bakanakora n'ibikorwa vyiza, mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah nta nkeka ko inyuma y'uko kwigaya kwabo Izobababarira, ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَٱلَّذِينَ عَمِلُواْ ٱلسَّيِّـَٔاتِ ثُمَّ تَابُواْ مِنۢ بَعۡدِهَا وَءَامَنُوٓاْ إِنَّ رَبَّكَ مِنۢ بَعۡدِهَا لَغَفُورٞ رَّحِيمٞ ١٥٣

154. Musa amaze guturura ishavu rigahera, yarahejeje atora ya Mizingo ya Tawurati yari yataye hasi. Muri yo, harimwo uburongozi n'impuhwe ku bantu batinya ibihano vy'Imana yabo Rurema Allah.

وَلَمَّا سَكَتَ عَن مُّوسَى ٱلۡغَضَبُ أَخَذَ ٱلۡأَلۡوَاحَۖ وَفِي نُسۡخَتِهَا هُدٗى وَرَحۡمَةٞ لِّلَّذِينَ هُمۡ لِرَبِّهِمۡ يَرۡهَبُونَ ١٥٤

155. Ni ho rero Musa yatora mu bantu biwe abagabo b'intore mirongo indwi kugira bajane ku musozi wa Sinayi, kw'isango ryacu Twebwe Allah ryo kwigaya icaha c'isengwa ry'igishusho c'ishashi y'inka. Ba bagabo b'intore bamaze gushika kuri nya musozi, babwiye Musa bati: "Ntiturota tukwemera tutabanje kubona Imana Allah ukuri kwamye; mu vy'ukuri niwaba wavuganye na Yo, yitwereke rero!". Ni ho bahanishwa nyamugigima y'akataraboneka,

وَٱخۡتَارَ مُوسَىٰ قَوۡمَهُۥ سَبۡعِينَ رَجُلٗا لِّمِيقَٰتِنَاۖ فَلَمَّآ أَخَذَتۡهُمُ ٱلرَّجۡفَةُ قَالَ رَبِّ لَوۡ شِئۡتَ أَهۡلَكۡتَهُم مِّن قَبۡلُ وَإِيَّيَۖ أَتُهۡلِكُنَا بِمَا فَعَلَ ٱلسُّفَهَآءُ مِنَّآۖ إِنۡ هِيَ إِلَّا فِتۡنَتُكَ تُضِلُّ بِهَا مَن تَشَآءُ وَتَهۡدِي مَن تَشَآءُۖ أَنتَ

maze bose bahonera rimwe. Musa ni ho yahava atakambira Imana Allah arigaya ati: “Mana yanje Rurema Allah! Aho nsubirira inyuma, Bene Israyeli nza kubabwira iki kandi Wahoneje abo natoye muri bo! Iyo Ushaka Wari gutuma Ubahonya ndi kumwe na bo imbere yuko tugera ku musozi wa Sinayi. Mbega Mana yanje Rurema Allah! Uduhonya kubera ivyaha vyakozwe n’abakehabwenge muri twebwe! Ivyo bakoze, si ikindi kiretse ko ari ikigeragezo cawe gituma Uhubisha uwo Ushatse mu biremwa vyawe, Ukarongora uwo Ushatse muri vyo. Wewe ni We Muhagarikizi n’Umutabazi wacu. Kubera ivyo rero, Tugumirize akabanga Utubabarire ibicumuro vyacu, Wongere Utugirire impuhwe, burya Wewe ni We Mwiza w’abababarira bakagumya ibanga;

وَٱكۡتُبۡ لَنَا فِي هَٰذِهِ ٱلدُّنۡيَا حَسَنَةٗ وَفِي ٱلۡأٓخِرَةِ إِنَّا هُدۡنَآ إِلَيۡكَۚ قَالَ عَذَابِيٓ أُصِيبُ بِهِۦ مَنۡ أَشَآءُۖ وَرَحۡمَتِي وَسِعَتۡ كُلَّ شَيۡءٖۚ فَسَأَكۡتُبُهَا لِلَّذِينَ يَتَّقُونَ وَيُؤۡتُونَ ٱلزَّكَوٰةَ وَٱلَّذِينَ هُم بِـَٔايَٰتِنَا يُؤۡمِنُونَ ١٥٦

156. Unatwandikire ibikorwa vyiza kuri iyi si, Uzonabiduhembere mu buzima bw’inyuma yo gupfa. Ni ukuri twagarutse kwigaya imbere yawe”. Imana Allah Yabwiye Musa Iti: “Ibihano vyanje Ndabiha uwo Nshatse mu biremwa vyanje; hamwe n’ivyo, impuhwe zanje zikikuje ikintu cose Naremye. Nzoheza rero Nandikire ironswa ryazo abantinya bakiyubara ibihano vyanje mu kungamburukira, bakanatanga ishikanwa-bwirizwa, hamwe n’abemera ivyemezo vyacu vyerekana isengwa ry’Imana Imwe Rudende.

ٱلَّذِينَ يَتَّبِعُونَ ٱلرَّسُولَ ٱلنَّبِيَّ ٱلۡأُمِّيَّ ٱلَّذِي يَجِدُونَهُۥ مَكۡتُوبًا عِندَهُمۡ فِي ٱلتَّوۡرَىٰةِ وَٱلۡإِنجِيلِ يَأۡمُرُهُم بِٱلۡمَعۡرُوفِ وَيَنۡهَىٰهُمۡ عَنِ ٱلۡمُنكَرِ وَيُحِلُّ لَهُمُ ٱلطَّيِّبَٰتِ وَيُحَرِّمُ عَلَيۡهِمُ ٱلۡخَبَٰٓئِثَ وَيَضَعُ عَنۡهُمۡ إِصۡرَهُمۡ وَٱلۡأَغۡلَٰلَ ٱلَّتِي كَانَتۡ عَلَيۡهِمۡۚ فَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ بِهِۦ وَعَزَّرُوهُ وَنَصَرُوهُ وَٱتَّبَعُواْ ٱلنُّورَ ٱلَّذِيٓ أُنزِلَ مَعَهُۥٓ أُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡمُفۡلِحُونَ ١٥٧

157. Abakurikira Intumwa ikaba n’Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), itigeze yiga kwandika no gusoma, ari na yo basanga ibiyiranga vyanditswe mu Bitabu vyabo vya Tawurati n’Injili; ibabwiriza gusenga Imana Imwe Rudende Allah no kuyumvira hamwe rero no gukora ivyiza; ikanababuza ibangikanyamana n’ubugaba bwo kurenga ku mabwirizwa hamwe rero no gukora ibibi; ikanabazirurira ivyiza birekuwe mu mfungurwa, mu binyobwa no mu bakenyezi; ikanabaziriririza ibibi bizira nk’inyama y’ingurube, n’ibindi mu mfungurwa no mu binyobwa bahora bazirura mu vyaziririjwe n’Imana Allah; gutyo ikababakurako amabwirizwa yari abaremereye[1]. Abemeye rero iyo Ntumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) bakemanga ko ari Intumwa y’ukuri, bakayubaha bakayubahiriza bakanayitabara, bakanakurikira Qor’ani yamanuriwe, bakanagendera n’imigenzo yayo, abo ni bo rero baronse intsinzi y'ivyo Imana Allah Yabasezeraniye”.

[1] Nko guca agace k’impuzu kagiyeko ibihumanya, guturira iminyago no kwica uwishe n’aho yoba atishe n’ibigira nkana.

158. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Emwe bantu! Jewe mu vy'ukuri, ndi Intumwa y'Imana Allah kuri mwebwe mwese, ni Yo Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo, nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Yo, ni Yo Itanga ubuzima Ikanabwaka, Ikazozura n'abapfuye. Kubera ivyo rero, nimwemere Imana Imwe Rudende Allah n'Intumwa yayo, Umuvugishwamana atigeze yiga kwandika no gusoma, yemera Imana Imwe Rudende Allah, akemera n'amajambo yayo Yamumanuriye n'ayo Yamanuriye Abavugishwamana bo hambere yiwe, kandi mumukurikire mwubahirize n'amabwirizwa yiwe kugira mube abagororotsi".

قُلْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ إِنِّى رَسُولُ ٱللَّهِ إِلَيْكُمْ جَمِيعًا ٱلَّذِى لَهُۥ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۖ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ يُحْىِۦ وَيُمِيتُ ۖ فَـَٔامِنُوا۟ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِ ٱلنَّبِىِّ ٱلْأُمِّىِّ ٱلَّذِى يُؤْمِنُ بِٱللَّهِ وَكَلِمَٰتِهِۦ وَٱتَّبِعُوهُ لَعَلَّكُمْ تَهْتَدُونَ ﴿١٥٨﴾

159. Mu bantu ba Musa muri Bene Israyeli, harimwo umugwi w'abagororotsi utsimbataye ku kuri, ukanarongora abantu wisunze nya kuri, ukanabararikira kugukurikira, ugaheza rero ukanatunganiriza abandi mu kubacira imanza wisunze nya kuri nyene.

وَمِن قَوْمِ مُوسَىٰٓ أُمَّةٌ يَهْدُونَ بِٱلْحَقِّ وَبِهِۦ يَعْدِلُونَ ﴿١٥٩﴾

160. Abantu ba Musa muri Bene Israyeli, Twabaciyemwo imiryango cumi n'ibiri ingana n'igitigiri c'uruvyaro rukomoka kuri Ya'kubu; umuryango umwumwe wose witirirwa umwe muri nya ruvyaro. Igihe abantu ba Musa banyoterwa[1], bakamusaba ko yobahembura, Twaramuhishuriye Duti: "Kubita inkoni yawe kw'ibuye", rica ricikamwo amariba cumi n'abiri angana n'imiryango yari ng'aho, gutyo umuryango umwumwe wose wikiza inyota kw'iriba ryawo bwite. Hanyuma Tubarungikira igicu kibaha agatutu kugira kibakingire izuba ryo mu bugaragwa, Turaheza Tunabamanurira "Manna[2]" na "Salwa[3]". Dushoka Tubabwira Duti: "Nimurye rero mu vyiza Twabafunguriye". Si Twebwe Allah rero barenganije ku buhakanyi bwabo bwo kudashima no kutubahiriza amabwirizwa, ariko ni bo birenganije[4].

وَقَطَّعْنَٰهُمُ ٱثْنَتَىْ عَشْرَةَ أَسْبَاطًا أُمَمًا ۚ وَأَوْحَيْنَآ إِلَىٰ مُوسَىٰٓ إِذِ ٱسْتَسْقَىٰهُ قَوْمُهُۥٓ أَنِ ٱضْرِب بِّعَصَاكَ ٱلْحَجَرَ ۖ فَٱنۢبَجَسَتْ مِنْهُ ٱثْنَتَا عَشْرَةَ عَيْنًا ۖ قَدْ عَلِمَ كُلُّ أُنَاسٍ مَّشْرَبَهُمْ ۚ وَظَلَّلْنَا عَلَيْهِمُ ٱلْغَمَٰمَ وَأَنزَلْنَا عَلَيْهِمُ ٱلْمَنَّ وَٱلسَّلْوَىٰ ۖ كُلُوا۟ مِن طَيِّبَٰتِ مَا رَزَقْنَٰكُمْ ۚ وَمَا ظَلَمُونَا وَلَٰكِن كَانُوٓا۟ أَنفُسَهُمْ يَظْلِمُونَ ﴿١٦٠﴾

161. Ibuka Ntumwa y'Imana igarariza ryabo, igihe babwirwa bati: "Nimucumbike mu gisagara ceranda ca Bayti l-Maqdis, muheze mufungure n'akayabagu ivyo muzokwimburamwo mwisanzuye aho mushatse hose, muce muvuga muti: "Dusavye ikigongwe cawe Mana!"; maze mushoke mwinjira mu muryango w'ico gisagara mwunamiye Imana Allah, mwicishe bugufi, gutyo Duheze Tubagirire ikigongwe ku vyaha vyanyu.

وَإِذْ قِيلَ لَهُمُ ٱسْكُنُوا۟ هَٰذِهِ ٱلْقَرْيَةَ وَكُلُوا۟ مِنْهَا حَيْثُ شِئْتُمْ وَقُولُوا۟ حِطَّةٌ وَٱدْخُلُوا۟ ٱلْبَابَ سُجَّدًا نَّغْفِرْ لَكُمْ خَطِيٓـَٰتِكُمْ ۚ سَنَزِيدُ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿١٦١﴾

[1] Ni muri ca gihe Imana Allah Yabaha igihano co kwamana intekera ku mutwe bazembagirika mu bugaragwa mu kiringo c'imyaka mirongo ine.
[2] Ibirirarira vy'ibiti bisosa nk'ubuki.
[3] Inyama z'ubwoko bw'inyoni.
[4] Baraduhiwe no kwama ku mfungurwa z'ubwoko bumwe, baraheza basaba ko bofungurirwa ivyimbuwe mu mirima yo muri Misiri.

Tuzokwongerereza n'indishi abagwaneza muri mwebwe kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa";

فَبَدَّلَ ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ مِنْهُمْ قَوْلًا غَيْرَ ٱلَّذِى قِيلَ لَهُمْ فَأَرْسَلْنَا عَلَيْهِمْ رِجْزًا مِّنَ ٱلسَّمَآءِ بِمَا كَانُواْ يَظْلِمُونَ ﴿١٦٢﴾

162. Maze abagararije muri bo, baca bahindura ijambo basabwe kuvuga bati: "Ikigongwe cawe Mana", baraheza binjira bakurura ikibuno hasi, bavuga n'agasuzuguro bati: "Intete ku mushatsi Mana!". Duca Tubamanurira igihano kivuye hejuru, Turabahonya bitewe n'ukuntu bahora birenganya mu kurenga ku mabwirizwa yacu.

وَسْـَٔلْهُمْ عَنِ ٱلْقَرْيَةِ ٱلَّتِى كَانَتْ حَاضِرَةَ ٱلْبَحْرِ إِذْ يَعْدُونَ فِى ٱلسَّبْتِ إِذْ تَأْتِيهِمْ حِيتَانُهُمْ يَوْمَ سَبْتِهِمْ شُرَّعًا وَيَوْمَ لَا يَسْبِتُونَ لَا تَأْتِيهِمْ ۚ كَذَٰلِكَ نَبْلُوهُم بِمَا كَانُواْ يَفْسُقُونَ ﴿١٦٣﴾

163. Ntumwa y'Imana! Baza abayahudi ku nkuru y'abantu bigeze kuba mu gisagara kiri ku nkengera y'ibahari, igihe barenga kw'ibwirizwa ry'Imana Allah ryo kutaroba ifi ku musi w'isabato wubashwe bategetswe kwubaha no kwubahiriza, Imana Allah Iraheza Irabagerageza ku buryo ifi zagwirirana ku nkengera z'ibahari ku musi w'isabato gusa, ku yindi misi zikaguma mw'ibahari. Baraheza rero bakazitega urusenga ku musi w'isabato, maze bakazitegura ku musi ukurikira. Ni nk'ukwo nyene rero Tubagerageza ku bubegito bwabo bwo kurenga ku mabwirizwa yacu.

وَإِذْ قَالَتْ أُمَّةٌ مِّنْهُمْ لِمَ تَعِظُونَ قَوْمًا ٱللَّهُ مُهْلِكُهُمْ أَوْ مُعَذِّبُهُمْ عَذَابًا شَدِيدًا ۖ قَالُواْ مَعْذِرَةً إِلَىٰ رَبِّكُمْ وَلَعَلَّهُمْ يَتَّقُونَ ﴿١٦٤﴾

164. Ntumwa y'Imana! Ibuka kandi n'igihe umugwi w'abantu muri bo wabwira uwundi mugwi w'abahanura abarenga kw'ibwirizwa ryo kutaroba ku musi w'isabato wubashwe, uti: "Ni kuki muhanura abantu, Imana Allah Izobahonya kw'isi kubera ivyaha bakora, canke Ikazobahana mu buzima bw'inyuma yo gupfa!". Abahanura abarenga kuri nya bwirizwa, bishuye bati: "Tubahanura twubahiriza ibwirizwa ryo kubwiriza ivyiza n'iryo kubuza ibibi, kugira tuzoronke icireguzo ku Mana yanyu Rurema Allah ko twabahanuye". Iryo hanurwa ryabo rero, kwari kugira bagamburukire Imana Allah mu kutarenga ku mabwirizwa yayo.

فَلَمَّا نَسُواْ مَا ذُكِّرُواْ بِهِۦٓ أَنجَيْنَا ٱلَّذِينَ يَنْهَوْنَ عَنِ ٱلسُّوٓءِ وَأَخَذْنَا ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ بِعَذَابٍۭ بَـِٔيسٍۭ بِمَا كَانُواْ يَفْسُقُونَ ﴿١٦٥﴾

165. Umugwi w'abarenga kw'ibwirizwa ryo kutaroba ku musi w'isabato, umaze gufata minenegwe ivyo wibutswa ukarendegera mu gucumura, Twebwe Allah Twararokoye mu bihano ababuza abandi gukora icaha co kurenga ku mabwirizwa, Turaheza Duha ibihano bibabaza abirenganije mu kurenga kw'ibwirizwa ryo kutaroba ku musi w'isabato, kubera ubugaba bwabo bwo kurenga ku mabwirizwa yacu.

فَلَمَّا عَتَوْاْ عَن مَّا نُهُواْ عَنْهُ قُلْنَا لَهُمْ كُونُواْ قِرَدَةً خَٰسِـِٔينَ ﴿١٦٦﴾

166. Bamaze kurendegera rero mu kurenga ku vyo babujijwe, bagashishikara baroba ku musi w'isabato, Imana Allah Yababwiye Iti: "Nimuhinduke rero inkende musuzugurike", bashoka bacika inkende.

167. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Imana yawe Rurema Allah Yamenyesha icese, ko Itegerezwa kurungikira abayahudi uwuzobaha ibihano vy'akataraboneka, bagasuzugurika gushika ku musi w'umuhero w'isi. Mu vy'ukuri, Imana yawe Rurema Allah ni ukuri Irananyarutsa mu guhana ibigaba mu biremwa. Ni ukuri rero, ni na Yo Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya; Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِذْ تَأَذَّنَ رَبُّكَ لَيَبْعَثَنَّ عَلَيْهِمْ إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ مَن يَسُومُهُمْ سُوٓءَ ٱلْعَذَابِ ۗ إِنَّ رَبَّكَ لَسَرِيعُ ٱلْعِقَابِ وَإِنَّهُۥ لَغَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿١٦٧﴾

168. Bene Israyeli Twaranabaciyemwo imigwimigwi Tubanyanyagiza kw'isi; muri bo rero, harimwo abagororotsi bubaha bakubahiriza agateka k'Imana Allah n'agateka k'ibiremwa, hakabamwo n'abandi birenganya mu kutubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah. Abo rero, Twarabagerageje ku kuroranirwa bakoroherwa mu buzima, Twaranabagerageje no ku magorwa n'amaganya kugira bagaruke bigaye ku Mana Allah;

وَقَطَّعْنَٰهُمْ فِى ٱلْأَرْضِ أُمَمًا ۖ مِّنْهُمُ ٱلصَّٰلِحُونَ وَمِنْهُمْ دُونَ ذَٰلِكَ ۖ وَبَلَوْنَٰهُم بِٱلْحَسَنَٰتِ وَٱلسَّيِّـَٔاتِ لَعَلَّهُمْ يَرْجِعُونَ ﴿١٦٨﴾

169. Ababasubiriye mu nyuma y'aho barangwa n'ububi kurusha, batoranye Igitabu baragisoma baranagitahura, baraheza baca kubiri n'ingingo zaco, bakira ivyo bahawe bicirirtse mu vy'isi nka ruswa n'ibindi kubera inambu, bakavuga bisigura bati: "Tuzobabarirwa n'Imana Allah ibicumuro vyacu"; n'iyo bahawe mu bisanzwe bizirirjwe kuri bo, baravyakira ata co binona! Mbega ntibahawe isezerano rihambaye ryo gufata nkama Tawurati bakayigendera, n'iry'uko batovuga ku vyerekeye Imana Allah kiretse ukuri! Baratahuye rero ibiri muri Tawurati hanyuma barabirengako, barenga no kw'isezerano. Burya ubuzima bw'inyuma yo gupfa, ni bwo bwiza ku bantu bagamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Mbega ntimugira ubwenge ngo mutahure ko indishi iri ku Mana Allah ibarutira amaronko y'isi!

فَخَلَفَ مِنۢ بَعْدِهِمْ خَلْفٌ وَرِثُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ يَأْخُذُونَ عَرَضَ هَٰذَا ٱلْأَدْنَىٰ وَيَقُولُونَ سَيُغْفَرُ لَنَا وَإِن يَأْتِهِمْ عَرَضٌ مِّثْلُهُۥ يَأْخُذُوهُ ۚ أَلَمْ يُؤْخَذْ عَلَيْهِم مِّيثَٰقُ ٱلْكِتَٰبِ أَن لَّا يَقُولُوا۟ عَلَى ٱللَّهِ إِلَّا ٱلْحَقَّ وَدَرَسُوا۟ مَا فِيهِ ۗ وَٱلدَّارُ ٱلْءَاخِرَةُ خَيْرٌ لِّلَّذِينَ يَتَّقُونَ ۚ أَفَلَا تَعْقِلُونَ ﴿١٦٩﴾

170. Abafata nkama Igitabu ca Tawurati bakanubahiriza amabwirizwa n'izindi ngingo zirimwo, bakanatsimbataza amasengesho ku mwanya wayo, ni ukuri Twebwe Allah Tuzobahembera ivyo bakoze, ntitwigera Dutakaza namba indishi z'abatunganya neza ibikorwa vyabo.

وَٱلَّذِينَ يُمَسِّكُونَ بِٱلْكِتَٰبِ وَأَقَامُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ إِنَّا لَا نُضِيعُ أَجْرَ ٱلْمُصْلِحِينَ ﴿١٧٠﴾

171. Ntumwa y'Imana! Ibuka kandi n'igihe Twarerura umusozi hejuru ya Bene Israyeli, nya musozi ukaba nk'igicu kibakingiye izuba, bibaza ko uhava ubakorokerako nibatemera amabwirizwa ari muri Tawurati! Ni ho Twebwe Allah Twababwira Duti: "Nimufate nkama munubahirize ata gushidikanya ivyo Twabahaye, munibuke isezerano rihambaye Twabahaye muri Tawurati ryo kwubahiriza ibirimwo, kugira mugamburukire Imana Allah".

۞ وَإِذْ نَتَقْنَا ٱلْجَبَلَ فَوْقَهُمْ كَأَنَّهُۥ ظُلَّةٌ وَظَنُّوٓا۟ أَنَّهُۥ وَاقِعٌۢ بِهِمْ خُذُوا۟ مَآ ءَاتَيْنَٰكُم بِقُوَّةٍ وَٱذْكُرُوا۟ مَا فِيهِ لَعَلَّكُمْ تَتَّقُونَ ﴿١٧١﴾

وَإِذْ أَخَذَ رَبُّكَ مِنۢ بَنِىٓ ءَادَمَ مِن ظُهُورِهِمْ ذُرِّيَّتَهُمْ وَأَشْهَدَهُمْ عَلَىٰٓ أَنفُسِهِمْ أَلَسْتُ بِرَبِّكُمْ ۖ قَالُوا۟ بَلَىٰ شَهِدْنَآ ۛ أَن تَقُولُوا۟ يَوْمَ ٱلْقِيَـٰمَةِ إِنَّا كُنَّا عَنْ هَـٰذَا غَـٰفِلِينَ ﴿١٧٢﴾

172. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Imana yawe Rurema Allah Yaha isezerano Bene Adamu bakiri intanga mu migongo ya ba se, ko boyisenga ari Imwe Rudende, Iraheza Ibagira ivyabona kuri nya sezerano, Iti: "Si Jewe Mana yanyu Rurema Allah, mukwiye gusenga mutambangikanije!". Baraheza bishura bemanga bati: "Wobuzwa n'iki kuba Imana yacu Allah dusenga ari Imwe Rudende! Ego cane turavyemanze". Twabagize ivyabona kuri iryo sezerano rero, kugira ntimuzohave muvuga mwiregura ku musi w'izuka muti: "Mu vy'ukuri, ntitwigeze tumenya ko hakwiye gusengwa Imana Imwe Rudende Allah! Twari twaragoswe n'ubujuju bwo kutamenya, tuba ba sindabibazwa";

أَوْ تَقُولُوٓا۟ إِنَّمَآ أَشْرَكَ ءَابَآؤُنَا مِن قَبْلُ وَكُنَّا ذُرِّيَّةً مِّنۢ بَعْدِهِمْ ۖ أَفَتُهْلِكُنَا بِمَا فَعَلَ ٱلْمُبْطِلُونَ ﴿١٧٣﴾

173. Canke kugira ntimuzovuge mwigovyora muti: "Ni ukuri, ba data gusa ni bo barenze kw'isezerano aho hambere, baraheza babangikanya Imana Allah, gutyo na twe mu nyuma dushoka tubakurikira ukwo. None ga Mana! Ushaka kuduhonya, Uduhora icaha cakozwe n'abakubangikanije bigatuma ibikorwa vyabo bicika impfagusa!".

وَكَذَٰلِكَ نُفَصِّلُ ٱلْـَٔايَـٰتِ وَلَعَلَّهُمْ يَرْجِعُونَ ﴿١٧٤﴾

174. Ntumwa y'Imana! Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twatomoye Aayah zacu n'ibihano Twahaye abazihakanye - Dutomorera abantu warungitsweko Aayah n'ivyemezo kugira bavavanure n'ibangikanyamana, baheze bagaruke ku Mana yabo Rurema Allah.

وَٱتْلُ عَلَيْهِمْ نَبَأَ ٱلَّذِىٓ ءَاتَيْنَـٰهُ ءَايَـٰتِنَا فَٱنسَلَخَ مِنْهَا فَأَتْبَعَهُ ٱلشَّيْطَـٰنُ فَكَانَ مِنَ ٱلْغَاوِينَ ﴿١٧٥﴾

175. Ntumwa y'Imana! Cira agace abantu warungitsweko ku nkuru y'umuntu umwe muri Bene Israyeli Twahaye ivyemezo vyacu, maze arabitahura, hanyuma arabihakana, abirenza inyuma y'umugongo, gutyo shetani na yo ishoka imwigarurira, aca aja mu bantu bahuvye inzira.

وَلَوْ شِئْنَا لَرَفَعْنَـٰهُ بِهَا وَلَـٰكِنَّهُۥٓ أَخْلَدَ إِلَى ٱلْأَرْضِ وَٱتَّبَعَ هَوَىٰهُ ۚ فَمَثَلُهُۥ كَمَثَلِ ٱلْكَلْبِ إِن تَحْمِلْ عَلَيْهِ يَلْهَثْ أَوْ تَتْرُكْهُ يَلْهَث ذَّٰلِكَ مَثَلُ ٱلْقَوْمِ ٱلَّذِينَ كَذَّبُوا۟ بِـَٔايَـٰتِنَا ۚ فَٱقْصُصِ ٱلْقَصَصَ لَعَلَّهُمْ يَتَفَكَّرُونَ ﴿١٧٦﴾

176. Iyo rero Twebwe Allah Dushaka kumuduza icubahiro mu kwemera nya vyemezo, Twari kumushoboza kubigendera, ariko rero we yihebeye ivy'isi ha kwitegurira ubuzima bw'inyuma yo gupfa, araheza akurikira ivyipfuzo vyiwe, agabitanya ku Mana Allah. Uyo rero akarorero kiwe, ni nk'imbwa; iyo uyirukanye irekereza ururimi, wayireka naho nyene ikarekereza ururimi[1]. Ntumwa y'Imana! Iyo rero, ni yo ngeso y'abantu bahakanye ivyemezo vyacu imbere yuko urungikwa. Biganire rero inkuru z'ivyashikiye ab'aho hambere, kuko harimwo ibitangaro vyotuma bibuka bakwemere;

[1] Ni nk'uko rero uwuhakana ivyemezo vy'Imana Allah akabirenza umugongo, ukumuhanura canke kumwirengagiza nta co bihindura kuri we.

177. Ako ni ko karorero kabi cane; akarorero k'abantu bagararije mu guhakana bivuye inyuma ivyemezo vyacu, burya rero ni bo nyene bari birenganije.

سَآءَ مَثَلًا ٱلْقَوْمُ ٱلَّذِينَ كَذَّبُوا۟ بِـَٔايَـٰتِنَا وَأَنفُسَهُمْ كَانُوا۟ يَظْلِمُونَ ﴿١٧٧﴾

178. Uwushobojwe n'Imana Allah akemera ku bugamburutsi bwiwe, uyo ni we yashobojwe kuba umugororotsi; nayo uwubaye intumva, maze Imana Allah Ikamureka agahuba, uyo ni we azoba ari mu bahomvye ubuzima bwabo bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa.

مَن يَهْدِ ٱللَّهُ فَهُوَ ٱلْمُهْتَدِى ۖ وَمَن يُضْلِلْ فَأُو۟لَـٰٓئِكَ هُمُ ٱلْخَـٰسِرُونَ ﴿١٧٨﴾

179. Ni ukuri, Twebwe Allah Twaremeye umuriro wa Jahannamu abagarariji benshi mu bantu no mu majini; abafise imishaha ntibaheze ngo bayikoreshe mu gutahura; bakagira n'amaso ntibaheze ngo bayakoreshe mu kubona Aayah n'ivyemezo vyacu; bakagira n'amatwi ntibaheze ngo bayakoreshe mu kwumviriza Aayah z'Imana Allah zikabanyura. Abo ni bo rero, babayeho nk'ibitungwa bitumva ngo bitahure ico bibwirwa, bitabona ngo biheze bitandukanye iciza n'ikibi. Ahubwo mbere bobo barahuvye gusumba ivyo bitungwa[1]. Abo ni bo rero bagoswe, ntibemera Imana Allah ngo bayumvire, bigira ba sindabibazwa.

وَلَقَدْ ذَرَأْنَا لِجَهَنَّمَ كَثِيرًا مِّنَ ٱلْجِنِّ وَٱلْإِنسِ ۖ لَهُمْ قُلُوبٌ لَّا يَفْقَهُونَ بِهَا وَلَهُمْ أَعْيُنٌ لَّا يُبْصِرُونَ بِهَا وَلَهُمْ ءَاذَانٌ لَّا يَسْمَعُونَ بِهَآ ۚ أُو۟لَـٰٓئِكَ كَٱلْأَنْعَـٰمِ بَلْ هُمْ أَضَلُّ ۚ أُو۟لَـٰٓئِكَ هُمُ ٱلْغَـٰفِلُونَ ﴿١٧٩﴾

180. Imana Allah Irafise amazina meza cane aranga ubutore bwayo, nimuyasabishe rero ku Mana Allah. Mwitandukanye na barya batosekaza amazina yayo[2], bazohembwa ku bicumuro bari barakoze kw'isi mu kugarariza Imana Allah n'Intumwa yayo, no mu gutosekaza amazina yayo.

وَلِلَّهِ ٱلْأَسْمَآءُ ٱلْحُسْنَىٰ فَٱدْعُوهُ بِهَا ۖ وَذَرُوا۟ ٱلَّذِينَ يُلْحِدُونَ فِىٓ أَسْمَـٰٓئِهِۦ ۚ سَيُجْزَوْنَ مَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١٨٠﴾

181. No mu biremwa Twaremye rero, harimwo umugwi w'abagororotsi urongora abantu wisunze ukuri, ukanabararikira kugukurikira, ugaheza rero ukanatunganiriza abandi mu kubacira imanza wisunze nya kuri nyene;

وَمِمَّنْ خَلَقْنَآ أُمَّةٌ يَهْدُونَ بِٱلْحَقِّ وَبِهِۦ يَعْدِلُونَ ﴿١٨١﴾

182. Nayo abagarariye mu guhakana bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyacu, Tuzobakwegera mu bihano bukebuke mu kubaronsa ibibabeshaho bikwiye kw'isi, gutyo batwarwe n'ibihendamaso bibaza ko batonye ku Mana Allah, hanyuma Tubahane giturumbuka mu buryo batazi;

وَٱلَّذِينَ كَذَّبُوا۟ بِـَٔايَـٰتِنَا سَنَسْتَدْرِجُهُم مِّنْ حَيْثُ لَا يَعْلَمُونَ ﴿١٨٢﴾

183. Jewe Allah Nzonabaha agahengwe gushika n'aho bibaza ko batazohanwa, gutyo bongerereze ubuhakanyi n'amanyama ku yandi kugira bagwirizwe ibihano. Mu vy'ukuri, ihinyura ryanje gushika aho ndabacakira, rirahambaye cane.

وَأُمْلِى لَهُمْ ۚ إِنَّ كَيْدِى مَتِينٌ ﴿١٨٣﴾

---

[1] Kuko ibitungwa birabona bigatahura ikivyungura canke ikibibangamira bikanakurikira umwungere.

[2] Mu kuyongerako, canke mu kuyagabanyako, canke kuyahindura; nko kuyita uwutayakwiye mu biremwa, canke kuyaha insiguro itemejwe n'Imana Allah, eka itanemejwe n'Intumwa yayo.

184. Mbega ntibariyumvira ngo batahure ko mugenzi wabo Muhamadi atari umusazi! We si ikindi kiretse ko ari Umugabisha atomora ibihano vy'Imana Allah mu gihe batomwemera.

أَوَلَمْ يَتَفَكَّرُواْۗ مَا بِصَاحِبِهِم مِّن جِنَّةٍۚ إِنْ هُوَ إِلَّا نَذِيرٞ مُّبِينٌ ١٨٤

185. Mbega ntibihweza ngo babone ibimenyetso vy'ubwami buhambaye bw'Imana Allah mu majuru no mw'isi, hamwe rero no mu biremwa Yaremye muri nya majuru n'isi, gutyo baheze batahure bibuke, baheze rero kandi barabe n'ubuzima bwabo buri hafi guhera bagapfa bakigarariza, bakazohanwa n'Imana Allah! Mbega ni irihe gabisha bokwemera inyuma y'igabisha rya Qor'ani!

أَوَلَمْ يَنظُرُواْ فِي مَلَكُوتِ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَمَا خَلَقَ ٱللَّهُ مِن شَيْءٖ وَأَنْ عَسَىٰٓ أَن يَكُونَ قَدِ ٱقْتَرَبَ أَجَلُهُمْۖ فَبِأَيِّ حَدِيثٖ بَعْدَهُۥ يُؤْمِنُونَ ١٨٥

186. Uwubaye intumva, Imana Allah Ikamureka agahuba inzira kubera ubutumva bwiwe, nta n'umwe ashobora kumurongora mu nzira yayo. Izonabarekera mu bugarariji bwabo bajuragirika mu kubura ico bafata n'ico boreka hagati y'ukwemera n'ubuhuvyi.

مَن يُضْلِلِ ٱللَّهُ فَلَا هَادِيَ لَهُۥۖ وَيَذَرُهُمْ فِي طُغْيَٰنِهِمْ يَعْمَهُونَ ١٨٦

187. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana barakubaza ku vyerekeye umuhero w'isi, ni ryari uzoshika? Babwire uti: "Mu vy'ukuri, ubumenyi bw'igihe uzoshikira bufiswe n'Imana yanje Rurema Allah, nta n'umwe ashobora kugaragaza igihe cawo kiretse Yo Yonyene. Igihe umuhero w'isi uzoshikirako, kinyegejwe ibiremwa vyose vyo mu majuru no mw'isi, nta n'umwe muri vyo azi igihe uzoshikira. Ntuzobishikira rero kiretse ko uzobishikira giturumbuka". Ntumwa y'Imana! Bakubaza nk'aho woba witwararitse cane kumenya igihe umuhero w'isi uzoshikirako! Babwire uti: "Ni ukuri, ubumenyi bw'igihe uzoshikirako bufiswe n'Imana yanje Allah, ariko rero abenshi mu bantu ntibazi ko bufiswe na Yo gusa".

يَسْـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلسَّاعَةِ أَيَّانَ مُرْسَىٰهَاۖ قُلْ إِنَّمَا عِلْمُهَا عِندَ رَبِّيۖ لَا يُجَلِّيهَا لِوَقْتِهَآ إِلَّا هُوَۚ ثَقُلَتْ فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِۚ لَا تَأْتِيكُمْ إِلَّا بَغْتَةٗۗ يَسْـَٔلُونَكَ كَأَنَّكَ حَفِيٌّ عَنْهَاۖ قُلْ إِنَّمَا عِلْمُهَا عِندَ ٱللَّهِ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعْلَمُونَ ١٨٧

188. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Nta na kimwe nishoboje, haba mu kugira ico nimariye, eka no mu kwikingira inabi, kiretse ku vyo Imana Allah Ishatse. N'iyo nza kumenya ibinyegejwe ibiremwa, norushirijeho gukora ivyiza, nta n'inabi yonshikiye namba. Burya jewe nta kindi ndi kiretse ko ngabisha abagarariji ku bihano vyo mu muriro, nkashikiriza n'abemeramana inkuru nziza y'Ubwami bw'ijuru.

قُل لَّآ أَمْلِكُ لِنَفْسِي نَفْعًا وَلَا ضَرًّا إِلَّا مَا شَآءَ ٱللَّهُۚ وَلَوْ كُنتُ أَعْلَمُ ٱلْغَيْبَ لَٱسْتَكْثَرْتُ مِنَ ٱلْخَيْرِ وَمَا مَسَّنِيَ ٱلسُّوٓءُۚ إِنْ أَنَا۠ إِلَّا نَذِيرٞ وَبَشِيرٞ لِّقَوْمٖ يُؤْمِنُونَ ١٨٨

189. Bantu! Imana Allah ni Yo Yabaremye Ibakomoye kuri Adamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), Iraheza Imurememwo umukenyezi wiwe Hawa kugira amumare irungu anamutururuze. Amaze rero kwiherera akarangurana na we amabanga y'abubatse[1], yarasamye imbanyi iraheza irakura bukebuke; amaze gukurirwa hakagera ko yibaruka, bompi barasavye Imana yabo

۞هُوَ ٱلَّذِي خَلَقَكُم مِّن نَّفْسٖ وَٰحِدَةٖ وَجَعَلَ مِنْهَا زَوْجَهَا لِيَسْكُنَ إِلَيْهَاۖ فَلَمَّا تَغَشَّىٰهَا حَمَلَتْ حَمْلًا خَفِيفٗا فَمَرَّتْ بِهِۦۖ

[1] Abavugwa ng'aha, ni umugabo n'umugore bubatse izabo muri Bene Adamu.

Rurema Allah bati: “Niwaramuka Uduhaye ikibondo ceranda gitunganye, nta nkeka ko tuzoba mu bagushimira inema yo kuronswa ikibondo”.

فَلَمَّآ أَثۡقَلَت دَّعَوَا ٱللَّهَ رَبَّهُمَا لَئِنۡ ءَاتَيۡتَنَا صَٰلِحٗا لَّنَكُونَنَّ مِنَ ٱلشَّٰكِرِينَ ١٨٩

190. Biri muri kameremere ka Bene Adamu rero, ko Imana Allah Ironkeje abavyeyi ikibondo ceranda gitunganye, bahava bakayibangikanya na nya kibondo. Harakubahwa hubahirizwe rero Imana Allah, ntikabangikanywe n’ivyo bayibangikanya!

فَلَمَّآ ءَاتَىٰهُمَا صَٰلِحٗا جَعَلَا لَهُۥ شُرَكَآءَ فِيمَآ ءَاتَىٰهُمَاۖ فَتَعَٰلَى ٱللَّهُ عَمَّا يُشۡرِكُونَ ١٩٠

191. Mbega bayibangikanya n’ibiremwa vyayo bidashoboye no kurema ikintu na kimwe, kandi na vyo nyene vyararemwe!

أَيُشۡرِكُونَ مَا لَا يَخۡلُقُ شَيۡـٔٗا وَهُمۡ يُخۡلَقُونَ ١٩١

192. Ntibinashoboye gutabara ababisenga ngo bibakingire inabi, eka na vyo nyene ntibishoboye kwikingira inabi!

وَلَا يَسۡتَطِيعُونَ لَهُمۡ نَصۡرٗا وَلَآ أَنفُسَهُمۡ يَنصُرُونَ ١٩٢

193. Babangikanyamana! Mu gihe mworarikira ivyo musenga mu bigirwamana ngo bitumbere inzira igororotse, ntivyopfa vyumvise namba irarika ryanyu ngo bibakurikire, ukubirarika no kwinumira, vyose ni co kimwe kuri vyo, ntivyumva, ntibibona.

وَإِن تَدۡعُوهُمۡ إِلَى ٱلۡهُدَىٰ لَا يَتَّبِعُوكُمۡۚ سَوَآءٌ عَلَيۡكُمۡ أَدَعَوۡتُمُوهُمۡ أَمۡ أَنتُمۡ صَٰمِتُونَ ١٩٣

194. Mu vy’ukuri, ivyo musenga mu gishingo c’Imana Allah, ni abaja b’Imana Allah nkamwe. Nimwaba rero mwemera ko bikwiye gusengwa nk’uko mwibaza, nimubisabe rero bibumvire nimwaba muri imvugakuri.

إِنَّ ٱلَّذِينَ تَدۡعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ عِبَادٌ أَمۡثَالُكُمۡۖ فَٱدۡعُوهُمۡ فَلۡيَسۡتَجِيبُواْ لَكُمۡ إِن كُنتُمۡ صَٰدِقِينَ ١٩٤

195. Mbega ivyo bigirwamana vyoba bifise amaguru bigendesha ku buryo vyishira bikizana mu kubatunganiriza! Canke vyoba bifise amaboko bikoresha mu kubatabara hagize uwubabangamira! Canke vyoba bifise amaso birabisha mu kubona ibinyegejwe ibiremwa mudashoboye kubona! Canke vyoba bifise amatwi bikoresha mu kwumva ivyo mudashobora kwumva! Ivyo bigirwamana, none vyosengwa gute, nivyaba bitagira na kimwe muri ivyo bihimba, ari na vyo bikoreshwa mu kugira ico umuntu yimariye canke mu kwikingira! Ntumwa y’Imana! Bwira ababangikanyamana uti: “Nimusabe rero ibigirwamana vyanyu mwabangikanije n’Imana Allah, hanyuma mukoreshe urwenge mu kundwaniriza hamwe, ntimuzondindirize na gato mutaranyirahira, nta n’ico ninona kuko nizeye Imana Allah;

أَلَهُمۡ أَرۡجُلٞ يَمۡشُونَ بِهَآ أَمۡ لَهُمۡ أَيۡدٖ يَبۡطِشُونَ بِهَآ أَمۡ لَهُمۡ أَعۡيُنٞ يُبۡصِرُونَ بِهَآ أَمۡ لَهُمۡ ءَاذَانٞ يَسۡمَعُونَ بِهَاۗ قُلِ ٱدۡعُواْ شُرَكَآءَكُمۡ ثُمَّ كِيدُونِ فَلَا تُنظِرُونِ ١٩٥

196. Mu vy’ukuri, Umuhagarikizi wanje ni Imana Allah, ni Yo Imbungabunga Ikantabara, ni Yo Yamanuriye Igitabu Qor’ani, ni na Yo Ibungabunga aberanda mu biremwa vyayo, Ikabateturura;

إِنَّ وَلِيِّيَ ٱللَّهُ ٱلَّذِي نَزَّلَ ٱلۡكِتَٰبَۖ وَهُوَ يَتَوَلَّى ٱلصَّٰلِحِينَ ١٩٦

197. Nayo ivyo musaba mu gishingo c’Imana Allah, ntibishoboye kubatabara ngo bibakingire inabi, eka na vyo nyene ntibishoboye kwikingira inabi;

وَٱلَّذِينَ تَدۡعُونَ مِن دُونِهِۦ لَا يَسۡتَطِيعُونَ نَصۡرَكُمۡ وَلَآ أَنفُسَهُمۡ يَنصُرُونَ ١٩٧

198. No mu gihe rero mworarikira ivyo musenga mu bigirwamana gutumbera inzira igororotse, ntivyokwumva irarika ryanyu". Ntumwa y'Imana! Uranabona ababangikanyamana bariko barakuraba wibaza ngo barakubona, kandi batabona namba.

وَإِن تَدْعُوهُمْ إِلَى ٱلْهُدَىٰ لَا يَسْمَعُوا۟ ۖ وَتَرَىٰهُمْ يَنظُرُونَ إِلَيْكَ وَهُمْ لَا يُبْصِرُونَ ﴿١٩٨﴾

199. Muvugishwamana! Abantu ivyo bashoboye mu bikorwa n'imigenzo myiza, urabibakirira maze ubibashimire uko bingana kwose, ntukabasabe ivyo badashoboye. Babwirize no kugira ineza mu mvugo n'ingiro, uheze wirengagize inshirasoni.

خُذِ ٱلْعَفْوَ وَأْمُرْ بِٱلْعُرْفِ وَأَعْرِضْ عَنِ ٱلْجَٰهِلِينَ ﴿١٩٩﴾

200. Niwashikirwa n'inyoshambi za shetani zituma wotwarwa n'agashavu canke wokwihora, uraheza wikinge ku Mana Allah Igukingire izo nyoshambi, mu vy'ukuri ni Yo Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga, Nyenubumenyikurivyose, Irazi ivyo mukora.

وَإِمَّا يَنزَغَنَّكَ مِنَ ٱلشَّيْطَٰنِ نَزْغٌ فَٱسْتَعِذْ بِٱللَّهِ ۚ إِنَّهُۥ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿٢٠٠﴾

201. Mu vy'ukuri, abagamburukira Imana Allah iyo bakozweko n'inyoshambi za shetani, baca bagaruka ku Mana Allah bakigaya, bagashoka bavavanura n'ibicumuro.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ٱتَّقَوْا۟ إِذَا مَسَّهُمْ طَٰٓئِفٌ مِّنَ ٱلشَّيْطَٰنِ تَذَكَّرُوا۟ فَإِذَا هُم مُّبْصِرُونَ ﴿٢٠١﴾

202. Abanywanyi ba shetani mu bantu, baterwa ingoga n'amashetani mu majini zo kubandanya mu buhuvyi, nya mashetani agaheza agakora yita ku rutare mu kubahubisha, maze na bo bagakorana umwete mu gushira mu ngiro inyoshambi zayo.

وَإِخْوَٰنُهُمْ يَمُدُّونَهُمْ فِى ٱلْغَىِّ ثُمَّ لَا يُقْصِرُونَ ﴿٢٠٢﴾

203. Ntumwa y'Imana! Iyo utabashikirije icemezo cerekana ukuri wazanye, baca bavuga bati: "Ubwo ntiwopfuma urementanya icemezo!". Babwire uti: "Mu vy'ukuri, burya jewe nkurikira ivyo nahishuriwe n'Imana yanje Rurema Allah muri iyi Qor'ani. Muri iyo Qor'ani, harimwo ivyemezo bitomoye, uburongozi n'impuhwe ku bemeramana".

وَإِذَا لَمْ تَأْتِهِم بِـَٔايَةٍ قَالُوا۟ لَوْلَا ٱجْتَبَيْتَهَا ۚ قُلْ إِنَّمَآ أَتَّبِعُ مَا يُوحَىٰٓ إِلَىَّ مِن رَّبِّى ۚ هَٰذَا بَصَآئِرُ مِن رَّبِّكُمْ وَهُدًى وَرَحْمَةٌ لِّقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ ﴿٢٠٣﴾

204. Qor'ani iyo isomwe, ba muyumviriza mucereje, muheze muyitahure muyizirikane, kugira mugirirwe impuhwe n'Imana Allah.

وَإِذَا قُرِئَ ٱلْقُرْءَانُ فَٱسْتَمِعُوا۟ لَهُۥ وَأَنصِتُوا۟ لَعَلَّكُمْ تُرْحَمُونَ ﴿٢٠٤﴾

205. Ntumwa y'Imana! Uraheza rero uninahaze wongere utazire Imana yawe Rurema Allah mw'ijwi ry'uwongorera, utakambe wicisha bugufi, unayisabe mw'ijwi riciye bugufi udaciramwo abandi mu gitondo n'umugoroba, kandi ntuzobe na gato mu bantu bagoswe, batibuka kuninahaza no gutazira Imana Allah.

وَٱذْكُر رَّبَّكَ فِى نَفْسِكَ تَضَرُّعًا وَخِيفَةً وَدُونَ ٱلْجَهْرِ مِنَ ٱلْقَوْلِ بِٱلْغُدُوِّ وَٱلْـَٔاصَالِ وَلَا تَكُن مِّنَ ٱلْغَٰفِلِينَ ﴿٢٠٥﴾

206. Mu vy'ukuri, abamalayika bari ku Mana yawe Rurema Allah, ntibigera bagira amanyama ngo birengagize ukwiyegereza Imana Allah mu vyo bakora vyose banayisenga, ahubwo barubahiriza amabwirizwa yayo,

إِنَّ ٱلَّذِينَ عِندَ رَبِّكَ لَا يَسْتَكْبِرُونَ عَنْ عِبَادَتِهِۦ وَيُسَبِّحُونَهُۥ وَلَهُۥ يَسْجُدُونَ ﴿٢٠٦﴾ ۩

kandi barayitagatifuza ijoro n'umurango, bakanayubamira batayibangikanya.

8. Al-Anfaal (Iminyago)
Aayah 75, Madina

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَسۡـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلۡأَنفَالِۖ قُلِ ٱلۡأَنفَالُ لِلَّهِ وَٱلرَّسُولِۖ فَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَأَصۡلِحُواْ ذَاتَ بَيۡنِكُمۡۖ وَأَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥٓ إِن كُنتُم مُّؤۡمِنِينَ ١

1. Muvugishwamana! Ingendanyi zawe zirakubaza ukuntu iminyago mwanyaze ku rugamba rwa Badri yogaburwa! Babwire uti: "Ingingo y'igaburwa ry'iyo minyago, yega Imana Allah n'Intumwa yayo; Intumwa iyigabura yisunze ibwirizwa ry'Imana Allah. Nimugamburukire rero Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, muheze mutunganye imigenderanire hagati yanyu ntimucanishwemwo n'iminyago, maze mushishikare mwumvira Imana Allah n'Intumwa yayo nimwaba muri abemeramana vy'ukuri".

إِنَّمَا ٱلۡمُؤۡمِنُونَ ٱلَّذِينَ إِذَا ذُكِرَ ٱللَّهُ وَجِلَتۡ قُلُوبُهُمۡ وَإِذَا تُلِيَتۡ عَلَيۡهِمۡ ءَايَٰتُهُۥ زَادَتۡهُمۡ إِيمَٰنٗا وَعَلَىٰ رَبِّهِمۡ يَتَوَكَّلُونَ ٢

2. Ni ukuri, abemeramana vy'ukuri ni barya iyo havuzwe Imana Allah, imitima yabo ihinda agashitsi; iyo naho basomewe Aayah zayo ziri muri Qor'ani zibongerereza ukwemera ku kwemera basanganwe, kandi bishimikiza Imana yabo Rurema Allah bakayizera;

ٱلَّذِينَ يُقِيمُونَ ٱلصَّلَوٰةَ وَمِمَّا رَزَقۡنَٰهُمۡ يُنفِقُونَ ٣

3. Abatsimbataza amasengesho ku mwanya wayo, bakanatanga no mu vyo Twabaronkeje.

أُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡمُؤۡمِنُونَ حَقّٗاۚ لَّهُمۡ دَرَجَٰتٌ عِندَ رَبِّهِمۡ وَمَغۡفِرَةٞ وَرِزۡقٞ كَرِيمٞ ٤

4. Abo barangwa n'iyo migenzo rero, ni bo bemeramana vy'ukuri, baragenewe amacumbi yo mu rwego rwo hejuru ku Mana yabo Rurema Allah, hamwe no kubabarirwa ibicumuro vyabo hamwe n'impano yubashwe y'Ubwami bw'ijuru.

كَمَآ أَخۡرَجَكَ رَبُّكَ مِنۢ بَيۡتِكَ بِٱلۡحَقِّ وَإِنَّ فَرِيقٗا مِّنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ لَكَٰرِهُونَ ٥

5. Ihazana ry'ingendanyi kw'igaburwa ry'iminyago, aho Imana Allah Yashinga ingingo y'igaburwa ryayo, ni nk'ihazana ryabo ryo kuja ku rugamba rwa Badri, igihe Imana yawe Rurema Allah Yagutegeka vy'ukuri kuva i Madina ugana ahitwa Badri gutegera ibidandazwa vy'Abakorayishi, n'aho mu vy'ukuri bamwe mu bemeramana batashaka ko mujana.

يُجَٰدِلُونَكَ فِي ٱلۡحَقِّ بَعۡدَ مَا تَبَيَّنَ كَأَنَّمَا يُسَاقُونَ إِلَى ٱلۡمَوۡتِ وَهُمۡ يَنظُرُونَ ٦

6. Bakubazagiza ku vyerekeye indwano ko yohava iba, inyuma y'aho bamaze kumenya neza ko nya ndwano itegerezwa kuba, bari nk'aho boba bashorewe gupfa kandi babona nya rupfu imbere yabo.

وَإِذۡ يَعِدُكُمُ ٱللَّهُ إِحۡدَى ٱلطَّآئِفَتَيۡنِ أَنَّهَا لَكُمۡ وَتَوَدُّونَ أَنَّ غَيۡرَ ذَاتِ ٱلشَّوۡكَةِ

7. Ngendanyi mubazagiza ku vyerekeye indwano! Nimwibuke igihe Imana Allah Yabaha isezerano ko mutegerezwa kuronka imwe mu ntsinzi zibiri; ukunyaga

ibitwazi n'ibidandazwa vyikoreye canke ugutsinda urugamba, mugashaka ku bwanyu ko mworonka intsinzi yo kunyaga ibitwazi n'ibidandazwa vyikoreye mutabanje kurwana, Imana Allah na Yo Igashaka kugaragaza ukuri kw'ubwislamu, ijambo ryayo na ryo rikaganza mu guhangana n'abagarariji, Igaheza Ikabahonya;

تَكُونُ لَكُمْ وَيُرِيدُ ٱللَّهُ أَن يُحِقَّ ٱلْحَقَّ بِكَلِمَٰتِهِۦ وَيَقْطَعَ دَابِرَ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٧﴾

8. Kugira Imana Allah Iheshe icubahiro ubwislamu n'abislamu, Iheze Ikureho ibangikanyamana n'ababangikanyamana n'aho vyoshavuza abanyavyaha barenga ku mabwirizwa yayo.

لِيُحِقَّ ٱلْحَقَّ وَيُبْطِلَ ٱلْبَٰطِلَ وَلَوْ كَرِهَ ٱلْمُجْرِمُونَ ﴿٨﴾

9. Nimwibuke inema y'Imana Allah kuri mwebwe ku musi w'urugamba rwa Badri, igihe mwitabaza Imana Allah ngo Ibahe intsinzi yo kunesha umwansi wanyu, gutyo Imana Allah Iraheza Irabumvira Iti: "Jewe Allah mu vy'ukuri, Ndabateje intege ingabo z'abamalayika ibihumbi bibiri, baturutse mw'ijuru baza bakurakuranwa".

إِذْ تَسْتَغِيثُونَ رَبَّكُمْ فَٱسْتَجَابَ لَكُمْ أَنِّى مُمِدُّكُم بِأَلْفٍ مِّنَ ٱلْمَلَٰٓئِكَةِ مُرْدِفِينَ ﴿٩﴾

10. Imana Allah ntiyabateye intege atari ukugira bibabere ikimenyetso c'inkuru nziza yo kunesha umwansi, no gutururuza imitima yanyu, gutyo muheze mwizere ata mazinda ko ata ntsinzi mushobora gushikako kiretse ko iba iturutse ku Mana Allah, intsinzi burya ntituruka ku butwari canke ku nguvu zanyu. Imana Allah ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenubutungane mu vyo Ikora.

وَمَا جَعَلَهُ ٱللَّهُ إِلَّا بُشْرَىٰ وَلِتَطْمَئِنَّ بِهِۦ قُلُوبُكُمْ ۚ وَمَا ٱلنَّصْرُ إِلَّا مِنْ عِندِ ٱللَّهِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ﴿١٠﴾

11. Ibuka igihe Imana Allah Yabahunyiriza muri ku rugamba rwa Badri, kugira ngo Ibatekanishe ntimwicwe n'ubwoba bwo gutinya gutsindwa, Ikanabamanurira n'amazi y'imvura asukuye kugira ngo Ibahumanure, Inabeze n'imitima ntirangwe n'inyoshambi za shetani, Inabahe n'ukwihangana ku rugamba, Yongere Ibatsimbataze mukenyere zigume, ntimuhave munyerera urugamba rumaze kureta.

إِذْ يُغَشِّيكُمُ ٱلنُّعَاسَ أَمَنَةً مِّنْهُ وَيُنَزِّلُ عَلَيْكُم مِّنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً لِّيُطَهِّرَكُم بِهِۦ وَيُذْهِبَ عَنكُمْ رِجْزَ ٱلشَّيْطَٰنِ وَلِيَرْبِطَ عَلَىٰ قُلُوبِكُمْ وَيُثَبِّتَ بِهِ ٱلْأَقْدَامَ ﴿١١﴾

12. Muvugishwamana! Igihe Imana yawe Rurema Allah Yahishurira abamalayika Irungitse kubatera intege ku rugamba rwa "Badri" Iti: "Jewe Allah, mu vy'ukuri Ndi kumwe na mwe Ndabateye intege. Kubera ivyo rero, genda mutere intege abemeye Imana Allah, Nshoke Ntera n'ubwoba mu mitima y'abagararije", ni uko rero bemeramana! Nimuce imitwe n'ibikonjo vy'abagarariji;

إِذْ يُوحِى رَبُّكَ إِلَى ٱلْمَلَٰٓئِكَةِ أَنِّى مَعَكُمْ فَثَبِّتُوا۟ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ۚ سَأُلْقِى فِى قُلُوبِ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ ٱلرُّعْبَ فَٱضْرِبُوا۟ فَوْقَ ٱلْأَعْنَاقِ وَٱضْرِبُوا۟ مِنْهُمْ كُلَّ بَنَانٍ ﴿١٢﴾

13. Ivyo vyashikiye abagarariji ku kwimonogoza kwabo mu guca kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah n'Intumwa yayo. Uwo wese rero yimonogoje mu guca kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah n'Intumwa yayo, mu vy'ukuri Imana Allah Izomuhana Imuhashe kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ شَآقُّوا۟ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ ۚ وَمَن يُشَاقِقِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ فَإِنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلْعِقَابِ ﴿١٣﴾

14. Bagarariji! Ico ni co gihano canyu, nimucumvirize ng'aha kw'isi. Muranategekanirijwe n'ibihano vyo mu muriro mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

ذَٰلِكُمْ فَذُوقُوهُ وَأَنَّ لِلْكَٰفِرِينَ عَذَابَ ٱلنَّارِ ﴿١٤﴾

15. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwahangana imbona nkubone n'abagararije ku rugamba, ntimuzogenze umugongo ngo muhunge, ahubwo murahabera intwari mutsimbatare.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا لَقِيتُمُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ زَحْفًا فَلَا تُوَلُّوهُمُ ٱلْأَدْبَارَ ﴿١٥﴾

16. Uwuzogenza umugongo kuri uwo musi, azoba akwiye ishavu ry'Imana Allah, kiretse hamwe yogenza umugongo ashaka kwigobotora ingabo z'abagarariji canke guhungira ku ngabo z'abislamu ziri ku rugamba. Uwuzogenza rero umugongo, ubushikiro bwiwe ni mu muriro wa Jahannamu. Iryo ni ryo herezo ribi cane.

وَمَن يُوَلِّهِمْ يَوْمَئِذٍ دُبُرَهُۥٓ إِلَّا مُتَحَرِّفًا لِّقِتَالٍ أَوْ مُتَحَيِّزًا إِلَىٰ فِئَةٍ فَقَدْ بَآءَ بِغَضَبٍ مِّنَ ٱللَّهِ وَمَأْوَىٰهُ جَهَنَّمُ ۖ وَبِئْسَ ٱلْمَصِيرُ ﴿١٦﴾

17. Bemeramana! Ntimwishe ababangikanyamana ku rugamba rwa Badri ku bubasha bwanyu, ariko Imana Allah ni Yo Yabashoboje kubica. Eka si na wewe Ntumwa y'Imana wabateye urucekeri mu maso, ariko Imana Allah ni Yo Yagushoboje kubagema mu maso. Ivyo vyagenze ukwo, kugira Imana Allah Igerageze abemeramana igeragezwa ryiza ribashikana ku ntsinzi, rikanabaduza n'urwego rwo hejuru mu guharanira idini ryayo, Yongere Inabamenyeshe inema zayo kuri bo baheze bayishimire. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenukwumva, Irumva ivyo muserura n'ivyo munyegeza mu mishaha, Irazi ivyankenerwa vy'ibiremwa.

فَلَمْ تَقْتُلُوهُمْ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ قَتَلَهُمْ ۚ وَمَا رَمَيْتَ إِذْ رَمَيْتَ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ رَمَىٰ وَلِيُبْلِيَ ٱلْمُؤْمِنِينَ مِنْهُ بَلَآءً حَسَنًا ۚ إِنَّ ٱللَّهَ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿١٧﴾

18. Ivyo vyose rero vyabashikiye ku rugamba rwa "Badri", bituruka ku Mana Allah, nta n'inkeka rero ko bitebe bitebuke, Imana Allah Izoca ingoga iburagiza ry'abagarariji gushika baneshejwe.

ذَٰلِكُمْ وَأَنَّ ٱللَّهَ مُوهِنُ كَيْدِ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿١٨﴾

19. Bagarariji! Nimwasabira abarenganya abandi igihano ku Mana Allah, nta nkeka ko Imana Allah Yamaze kubumvira igihe Yabahanisha ukuneshwa ku rugamba. Nimwaramuka rero mwisubiyeko mukavavanura n'igarariza ry'Imana Allah, mukanareka kurwanya n'Umuvugishwamana wayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ivyo bizoba ari vyiza kuri mwebwe. Nimwongera kurwanya Umuvugishwamana, Tuzosubira Tubatsinde kandi, imigwi yanyu nta na kimwe izoheza ngo ibamarire, n'aho izoba igizwe n'ingabo n'ibirwanisho vyinshi, kanatsinda Imana Allah Iri kumwe n'abemeramana, ntibatana urugamba.

إِن تَسْتَفْتِحُواْ فَقَدْ جَآءَكُمُ ٱلْفَتْحُ ۖ وَإِن تَنتَهُواْ فَهُوَ خَيْرٌ لَّكُمْ ۖ وَإِن تَعُودُواْ نَعُدْ وَلَن تُغْنِيَ عَنكُمْ فِئَتُكُمْ شَيْـًٔا وَلَوْ كَثُرَتْ وَأَنَّ ٱللَّهَ مَعَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٩﴾

20. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimubandanye na ntaryo mwumvira Imana Allah n'Intumwa yayo,

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَلَا تَوَلَّوْاْ عَنْهُ وَأَنتُمْ تَسْمَعُونَ ﴿٢٠﴾

ntimuzodohoke kuri iryo yumviramana kandi mwama mwumvise ivyemezo musomerwa muri Qor'ani.

وَلَا تَكُونُواْ كَٱلَّذِينَ قَالُواْ سَمِعۡنَا وَهُمۡ لَا يَسۡمَعُونَ ٢١

21. Bemeramana! Eka ntimukabe nk'ababangikanyamana n'indyarya mu guca kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), igihe basomerwa Qor'ani bavuze bati: "Twumvise", kandi batigeze bategera namba ivyo bumvise ngo babizirikane.

إِنَّ شَرَّ ٱلدَّوَآبِّ عِندَ ٱللَّهِ ٱلصُّمُّ ٱلۡبُكۡمُ ٱلَّذِينَ لَا يَعۡقِلُونَ ٢٢

22. Mu vy'ukuri ikiremwa kibi cane ku Mana Allah mu biremwa bigendagenda kw'isi, ni intumva zazivye amatwi, zitigera zitahura ukuri; zikaba n'ibiragi vyagovye indimi, zitigera zivuga ukuri. Abo rero, ni bo badatahura ngo bubahirize amabwirizwa y'Imana Allah.

وَلَوۡ عَلِمَ ٱللَّهُ فِيهِمۡ خَيۡرٗا لَّأَسۡمَعَهُمۡ وَلَوۡ أَسۡمَعَهُمۡ لَتَوَلَّواْ وَّهُم مُّعۡرِضُونَ ٢٣

23. Iyo Imana Allah Imenya ko barangwa n'iciza, Yari gutuma bumva bagatahura inyigisho za Qor'ani, bagaheza bakanubahiriza n'amabwirizwa yayo. N'iyo Ituma na ho bumva nya nyigisho, bari kugenza umugongo, ntibari kwemera namba n'ibigirankana, birengagiza ukuri bakuzi.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱسۡتَجِيبُواْ لِلَّهِ وَلِلرَّسُولِ إِذَا دَعَاكُمۡ لِمَا يُحۡيِيكُمۡۖ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ يَحُولُ بَيۡنَ ٱلۡمَرۡءِ وَقَلۡبِهِۦ وَأَنَّهُۥٓ إِلَيۡهِ تُحۡشَرُونَ ٢٤

24. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwumvire Imana Allah n'Intumwa yayo mu gihe Ibahamagariye kwubahiriza ukuri guheza kukabaha ubuzima bwiza. Nimumenye ko Imana Allah ari Yo Ishoboye gutera intambamyi hagati y'umuntu n'ivyo umushaha wiwe wipfuza. Mumenye n'uko muzokwegeranirizwa kuri Yo ku musi w'izuka, Igahembera umwe wese ivyo yakoze.

وَٱتَّقُواْ فِتۡنَةٗ لَّا تُصِيبَنَّ ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ مِنكُمۡ خَآصَّةٗۖ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلۡعِقَابِ ٢٥

25. Bemeramana! Nimwiyubare igeragezwa ry'ikiza ridashikira gusa ibigaba muri mwebwe , ahubwo riranashikira n'aberanda bari bashoboye gusemerera bakamirira kure ibikorwa n'ivyo bigaba, ariko bakigira ba sindabibazwa, bakirengagiza. Nimumenye kandi ko Imana Allah Ihana Igahasha abaca kubiri n'amabwirizwa yayo.

وَٱذۡكُرُوٓاْ إِذۡ أَنتُمۡ قَلِيلٞ مُّسۡتَضۡعَفُونَ فِي ٱلۡأَرۡضِ تَخَافُونَ أَن يَتَخَطَّفَكُمُ ٱلنَّاسُ فَـَٔاوَىٰكُمۡ وَأَيَّدَكُم بِنَصۡرِهِۦ وَرَزَقَكُم مِّنَ ٱلطَّيِّبَٰتِ لَعَلَّكُمۡ تَشۡكُرُونَ ٢٦

26. Bemeramana! Nimwibuke inema z'Imana Allah kuri mwebwe igihe mwari inkehwa i Makka, mucinyizwa, mutinya ko abagarariji bobanyuruza bakabamarira ku buhomba, maze Imana Allah Ibaha ubuhungiro, mwimukira i Madina, Iranabatera n'intege mutsinda abagarariji ku rugamba rwa "Badri", Iranabaronsa iminyago kugira muyishimire.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَخُونُواْ ٱللَّهَ وَٱلرَّسُولَ وَتَخُونُوٓاْ أَمَٰنَٰتِكُمۡ وَأَنتُمۡ تَعۡلَمُونَ ٢٧

27. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimugahemukire Imana Allah n'Intumwa yayo mu kurenga ku mabwirizwa yayo. Ntimukanihemukire mwebwe nyene mu kudacungera imbitso mwaragijwe n'Imana Allah, kandi muzi neza ko mutegerezwa kuzibungabunga.

28. Nimumenye kandi ko amatungo yanyu n'ibibondo vyanyu, ari ibigeragezo kuri mwebwe kugira Imenye ko muyishimira canke ko muyirengagiza! Mumenye n'uko ku Mana Allah hari impera nta ngere ku bayigamburukira.

وَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّمَآ أَمْوَٰلُكُمْ وَأَوْلَٰدُكُمْ فِتْنَةٌ وَأَنَّ ٱللَّهَ عِندَهُۥٓ أَجْرٌ عَظِيمٌ ﴿٢٨﴾

29. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwatinya Imana Allah mukareka ivyo Yababujije, mukayigamburukira mugakora n'ivyo Yabategetse, Izobashoboza gutandukanya ukuri n'ikinyoma, Iheze Ibababarire ibicumuro vyanyu, Inabagumirize akabanga ababababarire ivyaha vyanyu. Burya Imana Allah ni Nyeningabirano zihambaye.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِن تَتَّقُواْ ٱللَّهَ يَجْعَل لَّكُمْ فُرْقَانًا وَيُكَفِّرْ عَنكُمْ سَيِّـَٔاتِكُمْ وَيَغْفِرْ لَكُمْ ۗ وَٱللَّهُ ذُو ٱلْفَضْلِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٢٩﴾

30. Ntumwa y'Imana! Ibuka igihe abagarariji bategura umugambi mubi w'uko bokugira imbohe, bakakwica canke bakakwangaza, bagategura umugambi wo kukugirira nabi, Imana Allah na Yo Ikababahinyura mu kuburizamwo nya mugambi mubi. Burya Imana Allah ni Yo Mwiza w'ababahinyura.

وَإِذْ يَمْكُرُ بِكَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لِيُثْبِتُوكَ أَوْ يَقْتُلُوكَ أَوْ يُخْرِجُوكَ ۚ وَيَمْكُرُونَ وَيَمْكُرُ ٱللَّهُ ۖ وَٱللَّهُ خَيْرُ ٱلْمَٰكِرِينَ ﴿٣٠﴾

31. Iyo abagarariji basomewe Aayah zacu Twebwe Allah muri Qor'ani, bavuga n'akagagazo bati: "Ni ukuri turamaze kwumva nk'ivyo! Twobishaka, nta nkeka ko twovuga amajambo nka Qor'ani. Iyo Qor'ani udusomera, si ikindi kiretse ko ari imigani y'ab'aho hambere".

وَإِذَا تُتْلَىٰ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتُنَا قَالُواْ قَدْ سَمِعْنَا لَوْ نَشَآءُ لَقُلْنَا مِثْلَ هَٰذَآ ۙ إِنْ هَٰذَآ إِلَّآ أَسَٰطِيرُ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿٣١﴾

32. Ntumwa y'Imana! Ibuka kandi igihe ababangikanyamana bavuga n'agahemo bati: "Mana yacu! Ibivugwa na Muhamadi, nivyaba ari ukuri kuvuye iwawe, tumanurire imvura y'urubuye iturutse hejuru, canke duhe igihano kibabaza".

وَإِذْ قَالُواْ ٱللَّهُمَّ إِن كَانَ هَٰذَا هُوَ ٱلْحَقَّ مِنْ عِندِكَ فَأَمْطِرْ عَلَيْنَا حِجَارَةً مِّنَ ٱلسَّمَآءِ أَوِ ٱئْتِنَا بِعَذَابٍ أَلِيمٍ ﴿٣٢﴾

33. Ihibambewe! Imana Allah ntiyari kubahana kandi ukiri hamwe na bo. Imana Allah ntiyari no kubahana mu gihe bagisabira imbabazi ivyaha vyabo.

وَمَا كَانَ ٱللَّهُ لِيُعَذِّبَهُمْ وَأَنتَ فِيهِمْ ۚ وَمَا كَانَ ٱللَّهُ مُعَذِّبَهُمْ وَهُمْ يَسْتَغْفِرُونَ ﴿٣٣﴾

34. Mbega ni gute batoba bakwiye ibihano vy'Imana Allah kandi baburagiza abemeramana gukikura no gusengera mu musigiti mutagatifu! Kanatsinda ntibari n'abatoni b'Imana Allah. Abatoni b'Imana Allah si abandi kiretse abayitinya bakanayigamburukira, ariko abenshi muri bo ntibatahura.

وَمَا لَهُمْ أَلَّا يُعَذِّبَهُمُ ٱللَّهُ وَهُمْ يَصُدُّونَ عَنِ ٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِ وَمَا كَانُوٓاْ أَوْلِيَآءَهُۥٓ ۚ إِنْ أَوْلِيَآؤُهُۥٓ إِلَّا ٱلْمُتَّقُونَ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٣٤﴾

35. Isengesho ry'ababangikanyamana mu musigiti mutagatifu w'i Makka, ntiryari ikindi kiretse gukobereza no gukoma amashi. Nimwumvirize rero ibihano vy'ukwicwa no kugirwa imbohe vyabashikiye ku rugamba rwa "Badri" kubera ubugarariji bwanyu.

وَمَا كَانَ صَلَاتُهُمْ عِندَ ٱلْبَيْتِ إِلَّا مُكَآءً وَتَصْدِيَةً ۚ فَذُوقُواْ ٱلْعَذَابَ بِمَا كُنتُمْ تَكْفُرُونَ ﴿٣٥﴾

36. Mu vy'ukuri, abagararije Imana Allah bakanagabira Intumwa yayo, batanga amatungo yabo batiziganya kugira barwanye idini ry'Imana Allah, no kugira babuze abantu

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ يُنفِقُونَ أَمْوَٰلَهُمْ لِيَصُدُّواْ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ ۚ فَسَيُنفِقُونَهَا ثُمَّ

kwinjira mw'idini ryayo. Kubera ivyo rero, bazotanga nya matungo hanyuma baruhire kwicuza, kuko impera n'imperuka bategerezwa kuneshwa. Burya abagarariji bazokwegeranirizwa mu muriro wa Jahannamu;

تَكُونُ عَلَيْهِمْ حَسْرَةً ثُمَّ يُغْلَبُونَ ۗ وَٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ إِلَىٰ جَهَنَّمَ يُحْشَرُونَ ﴿٣٦﴾

37. Ivyo bizogenda ukwo, kugira Imana Allah Itandukanye umubi n'umwiza, gutyo Ikumakumire ababi bose mu muriro wa Jahannamu. Abo bagarariji rero, ni bo bahomvye ubuzima bwabo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

لِيَمِيزَ ٱللَّهُ ٱلْخَبِيثَ مِنَ ٱلطَّيِّبِ وَيَجْعَلَ ٱلْخَبِيثَ بَعْضَهُۥ عَلَىٰ بَعْضٍ فَيَرْكُمَهُۥ جَمِيعًا فَيَجْعَلَهُۥ فِى جَهَنَّمَ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْخَٰسِرُونَ ﴿٣٧﴾

38. Ntumwa y'Imana! Bwira abagarariji ko nibaramuka baretse kugarariza bakanareka kurwanya Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), hanyuma bakemera Imana Imwe Rudende Allah, nta nkeka ko Imana Allah Izobagumiriza akabanga Ikababababarira ivyaha vyabo bakoze imbere yuko bemera. Nibasubira kurwanya Imana Allah n'Intumwa yayo naho, ni ukuri Tuzobahana nk'uko Twahanye ab'aho hambere yabo.

قُل لِّلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ إِن يَنتَهُوا۟ يُغْفَرْ لَهُم مَّا قَدْ سَلَفَ وَإِن يَعُودُوا۟ فَقَدْ مَضَتْ سُنَّتُ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿٣٨﴾

39. Bemeramana! Nimurwanye ababangikanyamana gushika n'aho ibangikanyamana no kurwanya idini ry'Imana Allah biranduranwa n'imizi, gutyo idini risigare ari idini ry'Imana Allah Yonyene. Nibaramuka rero baretse guhohotera abemeramana, bakanemera Imana Imwe Rudende Allah, mu vy'ukuri burya Imana Allah Irabona neza ivyo bakora, ni Yo Nyenukubona.

وَقَٰتِلُوهُمْ حَتَّىٰ لَا تَكُونَ فِتْنَةٌ وَيَكُونَ ٱلدِّينُ كُلُّهُۥ لِلَّهِ ۚ فَإِنِ ٱنتَهَوْا۟ فَإِنَّ ٱللَّهَ بِمَا يَعْمَلُونَ بَصِيرٌ ﴿٣٩﴾

40. Nibagenza umugongo naho bakirengagiza ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, bakanashishikara kurwanya idini ryayo, muramenya neza bemeramana ko Imana Allah ari Yo Muhagarikizi Ikaba n'Umutabazi wanyu. Irakaba Umwiza w'abahagarikizi ku batoni bayo, Irakaba n'Umwiza w'abatabazi mu kunesha abansi bayo.

وَإِن تَوَلَّوْا۟ فَٱعْلَمُوٓا۟ أَنَّ ٱللَّهَ مَوْلَىٰكُمْ ۚ نِعْمَ ٱلْمَوْلَىٰ وَنِعْمَ ٱلنَّصِيرُ ﴿٤٠﴾

41. Bemeramana! Nimumenye kandi ko ikintu ico ari co cose munyaze ku rugamba rwo guharanira idini ry'Imana Allah, ivya bitanu bine vyaco ari ivy'abarurwanye, ica gatanu gisigaye kikagaburwamwo imice itanu: umuce ugenerwa Imana Allah n'Intumwa yayo, uheza ugakoreshwa mw'iterambere rusangi ry'abislamu; uwugenerwa abavandimwe b'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)[1] muri Bene Hashimu na Bene Al-Muttwalib; uw'impfuvyi zitaragera mu bigero; uw'abakene hamwe rero n'uw'abari ku rugendo bakehaniwe n'uburyo. Ivyo rero muravyubahiriza nimwaba mwemera koko Imana Imwe Rudende Allah, mukemera

۞ وَٱعْلَمُوٓا۟ أَنَّمَا غَنِمْتُم مِّن شَىْءٍ فَأَنَّ لِلَّهِ خُمُسَهُۥ وَلِلرَّسُولِ وَلِذِى ٱلْقُرْبَىٰ وَٱلْيَتَٰمَىٰ وَٱلْمَسَٰكِينِ وَٱبْنِ ٱلسَّبِيلِ إِن كُنتُمْ ءَامَنتُم بِٱللَّهِ وَمَآ أَنزَلْنَا عَلَىٰ عَبْدِنَا يَوْمَ ٱلْفُرْقَانِ يَوْمَ ٱلْتَقَى ٱلْجَمْعَانِ ۗ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٤١﴾

[1] Bagenewe kuronka ku ca gatanu c'iminyago kuko batarekuriwe guhabwa imperezwa.

n'ivyo Twebwe Allah Twamanuriye Umuja wacu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu bitangaro, iterantege n'intsinzi Yabashikanyeko ku musi Itandukanya ukuri n'ikinyoma ku rugamba rwa Badri, umusi imigwi ibiri ihangana: uw'abemeramana n'uw'ababangikanyamana; burya rero Imana Allah ni Mushoboravyose.

إِذْ أَنتُم بِٱلْعُدْوَةِ ٱلدُّنْيَا وَهُم بِٱلْعُدْوَةِ ٱلْقُصْوَىٰ وَٱلرَّكْبُ أَسْفَلَ مِنكُمْ ۚ وَلَوْ تَوَاعَدتُّمْ لَٱخْتَلَفْتُمْ فِى ٱلْمِيعَٰدِ وَلَٰكِن لِّيَقْضِىَ ٱللَّهُ أَمْرًا كَانَ مَفْعُولًا لِّيَهْلِكَ مَنْ هَلَكَ عَنۢ بَيِّنَةٍ وَيَحْيَىٰ مَنْ حَىَّ عَنۢ بَيِّنَةٍ ۗ وَإِنَّ ٱللَّهَ لَسَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿٤٢﴾

42. Bemeramana! Nimwibuke n'igihe mwari mu kabande kari mu micungararo ya Madina, umwansi wanyu na we ari mu kabande kari hirya yanyu, ico gihe ibitwazi vyikoreye ibidandazwa vyari amaja epfo yanyu ku nkengera z'ibahari ritukura; iyo muhana isango ryo kuhahurira ntimwari kurihurizako, ariko Imana Allah Yarabahuje kw'isango mutari mwiteze kugira Ishitse icagezwe ko Yageneye intsinzi abatoni bayo, n'uko iteterezwa ryo kwicwa no kugirwa imbohe ari iry'abansi bayo. Ivyo vyabaye ukwo, kugira ngo uwuhahonera wese, ahone yamaze kwibonera ivyemezo vy'Imana Allah; uwuharokoka na we nyene, arokoke yamaze kwibonera ivyemezo vyayo. Mu vy'ukuri, nta nkeka ko Imana Allah ari Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'imigwi yompi; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo iyo migwi ikora n'ivyo izirikana.

إِذْ يُرِيكَهُمُ ٱللَّهُ فِى مَنَامِكَ قَلِيلًا ۖ وَلَوْ أَرَىٰكَهُمْ كَثِيرًا لَّفَشِلْتُمْ وَلَتَنَٰزَعْتُمْ فِى ٱلْأَمْرِ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ سَلَّمَ ۚ إِنَّهُۥ عَلِيمٌۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ﴿٤٣﴾

43. Muvugishwamana! Ibuka igihe Imana Allah Ikwereka mu ndoto ko igitigiri c'abansi bawe ari gito, ukanabibwira n'abemeramana, gutyo bituma bagira ishaka ryo kuja ku rugamba. Iyo Imana Allah Ikwereka ko igitigiri cabo ari kinini, ingendanyi zawe zari guhazana kuja ku rugamba, bigatuma munanirwa gufata ingingo yo kurujako, ariko rero Imana Allah Yarakinze ntimwananirwa gufata nya ngingo, muraheza murarusimba. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irazi ibinyegejwe mu mishaha.

وَإِذْ يُرِيكُمُوهُمْ إِذِ ٱلْتَقَيْتُمْ فِىٓ أَعْيُنِكُمْ قَلِيلًا وَيُقَلِّلُكُمْ فِىٓ أَعْيُنِهِمْ لِيَقْضِىَ ٱللَّهُ أَمْرًا كَانَ مَفْعُولًا ۗ وَإِلَى ٱللَّهِ تُرْجَعُ ٱلْأُمُورُ ﴿٤٤﴾

44. Ibuka kandi n'igihe mwahurira n'abansi banyu ku rugamba, Imana Allah Ikabereka ko igitigiri cabo ari gito, gutyo bituma mwubahuka guhangana na bo, na bo nyene Iraheza Ibereka ko igitigiri canyu ari gito kugira ntibitegurire bikwiye kubarwanya. Ivyo vyagenze ukwo, kugira Imana Allah Ishitse icagezwe ko Yageneye abatoni bayo intsinzi, gutyo ijambo ryayo riganze, iry'abagarariji na ryo riganzwe. Burya rero ku Mana Allah, ni ho ibintu vyose bizosubira kugira Ihembere umwe wese ivyo yakoze.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ إِذَا لَقِيتُمْ فِئَةً فَٱثْبُتُوا۟ وَٱذْكُرُوا۟ ٱللَّهَ كَثِيرًا لَّعَلَّكُمْ تُفْلِحُونَ ﴿٤٥﴾

45. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwahurira ku rugamba n'abagarariji biteguriye bikwiye kubarwanya, muraheza muhabere intwari, mumere magabo ntimuhunge, munaninahaze mutazire kenshi Imana Allah,

mwongere muyisabe Ibatere intege kugira muronke intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

46. Muheze mwumvire Imana Allah n'Intumwa yayo aho muzoba muri hose, kandi ntimugacanemwo kuko vyobacamwo imigwi, inguvu zanyu na zo zigasanzara, mugashoka munanirwa mugatsindwa. Kubera ivyo rero, ba mwihangana ku rugamba. Mu vy'ukuri, Imana Allah Iri kumwe n'abihangana mu kubatera intege no mu kubashikana ku ntsinzi.

وَأَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَلَا تَنَٰزَعُواْ فَتَفۡشَلُواْ وَتَذۡهَبَ رِيحُكُمۡۖ وَٱصۡبِرُوٓاْۚ إِنَّ ٱللَّهَ مَعَ ٱلصَّٰبِرِينَ ٤٦

47. Ntimukabe rero nk'ababangikanyamana bavuye mu gihugu cabo biyerekana n'amanyama n'akantu, kugira baburagize abantu kwinjira mu bwislamu. Burya Imana Allah, ubumenyi bwayo buhetura ivyo bakora vyose, nta na kimwe Itazi.

وَلَا تَكُونُواْ كَٱلَّذِينَ خَرَجُواْ مِن دِيَٰرِهِم بَطَرٗا وَرِئَآءَ ٱلنَّاسِ وَيَصُدُّونَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِۚ وَٱللَّهُ بِمَا يَعۡمَلُونَ مُحِيطٞ ٤٧

48. Bemeramana! Nimwibuke n'igihe shetani yaryohereza ababangikanyamana icabazanye ku rugamba, ikababwira iti: "Uno musi nta n'umwe abanesha, mu vy'ukuri ndi kumwe na mwe, ndabatabara". Iyo migwi yompi rero hageze ko ihangana, shetani yagenjeje umugongo irisubirako iti: "Mu vy'ukuri, jewe nditandukanije na mwe; ni ukuri, ndabona ivyo mudashoboye kubona mu bamalayika baje gutera intege abemeramana; jewe mu vy'ukuri ndatinya Imana Allah". Shetani rero yarabataye mu rudubi hanyuma irabihakana. Burya Imana Allah Irahana Igahasha uwugabitanya, mu gihe atisubiyeko ngo yigaye.

وَإِذۡ زَيَّنَ لَهُمُ ٱلشَّيۡطَٰنُ أَعۡمَٰلَهُمۡ وَقَالَ لَا غَالِبَ لَكُمُ ٱلۡيَوۡمَ مِنَ ٱلنَّاسِ وَإِنِّي جَارٞ لَّكُمۡۖ فَلَمَّا تَرَآءَتِ ٱلۡفِئَتَانِ نَكَصَ عَلَىٰ عَقِبَيۡهِ وَقَالَ إِنِّي بَرِيٓءٞ مِّنكُمۡ إِنِّيٓ أَرَىٰ مَا لَا تَرَوۡنَ إِنِّيٓ أَخَافُ ٱللَّهَۚ وَٱللَّهُ شَدِيدُ ٱلۡعِقَابِ ٤٨

49. Nimwibuke n'igihe indyarya n'abasinzikajwe mu mitima n'indwara y'ubuhakanyi, babona igitigiri gito c'abemeramana n'igitigiri kinini c'abansi babo, bagaca bavuga bati: "Abislamu bahenzwe n'idini ryabo pe! rirahava ribahonya". Ico batamenye rero, ni uko uwo wese yishimikije Imana Allah akayizera, Itigera Imuta mu rudubi. Burya Imana Allah mu vy'ukuri, ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

إِذۡ يَقُولُ ٱلۡمُنَٰفِقُونَ وَٱلَّذِينَ فِي قُلُوبِهِم مَّرَضٌ غَرَّ هَٰٓؤُلَآءِ دِينُهُمۡۗ وَمَن يَتَوَكَّلۡ عَلَى ٱللَّهِ فَإِنَّ ٱللَّهَ عَزِيزٌ حَكِيمٞ ٤٩

50. Ntumwa y'Imana! Iyo uba wobona ukuntu abagarariji bahanwa, ico gihe wobonye igitangaza giteye ubwoba, igihe abamalayika bariko bakura inkomoko y'ubuzima "roho" mu mishaha y'abagarariji bagasezera isi, babakubita mu maso no mu mugongo; bakazonabashinyaguriza bari mu muriro bati: "Nimuhonje rero ibihano vyo guturirwa mu muriro"[1].

وَلَوۡ تَرَىٰٓ إِذۡ يَتَوَفَّى ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ ٱلۡمَلَٰٓئِكَةُ يَضۡرِبُونَ وُجُوهَهُمۡ وَأَدۡبَٰرَهُمۡ وَذُوقُواْ عَذَابَ ٱلۡحَرِيقِ ٥٠

[1] Iyi Aayah, n'aho ivuga ku vyashikiye abagarariji ku rugamba rwa Badri, ifata umugarariji uwo ari we wese.

ذَٰلِكَ بِمَا قَدَّمَتْ أَيْدِيكُمْ وَأَنَّ ٱللَّهَ لَيْسَ بِظَلَّٰمٍ لِّلْعَبِيدِ ﴿٥١﴾

51. Bagarariji! Ivyo bihano rero vyabashikiye, vyatewe n'ivyo mwakoze ku gatwe kanyu kw'isi, n'uko Imana Allah Itigera Irenganya n'umwe mu biremwa, mu kugabanywa ku vyiza canke mu kurengerezwa ku vyaha; n'aho koba akantu kangana n'inzatsa Izokamuhembera.

كَدَأْبِ ءَالِ فِرْعَوْنَ وَٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ ۚ كَفَرُوا۟ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ فَأَخَذَهُمُ ٱللَّهُ بِذُنُوبِهِمْ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ قَوِىٌّ شَدِيدُ ٱلْعِقَابِ ﴿٥٢﴾

52. Ivyashikiye ababangikanyamana rero kuri uwo musi wa Badri, ni vyo vyashikiye ibigaba mu ntumva z'aho hambere; nk'abantu ba Firawuni n'abo hambere yabo, baragararije Intumwa z'Imana Allah mu guhakana bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyayo, maze Imana Allah Ica Irabahanira ivyaha vyabo. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyeninguvu, Irahana Igahasha uwo wese atigaya ku vyaha vyiwe.

ذَٰلِكَ بِأَنَّ ٱللَّهَ لَمْ يَكُ مُغَيِّرًا نِّعْمَةً أَنْعَمَهَا عَلَىٰ قَوْمٍ حَتَّىٰ يُغَيِّرُوا۟ مَا بِأَنفُسِهِمْ وَأَنَّ ٱللَّهَ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿٥٣﴾

53. Ivyo biri ukwo rero, kuko Imana Allah Itigera Yaka inema Yahaye abantu, kiretse iyo ari bo babanje guhindura inyifato bakigenza nabi, n'uko Imana Allah mu vy'ukuri ari Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'ibiremwa; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo bikora, Izohembera kimwe cose ivyo cakoze.

كَدَأْبِ ءَالِ فِرْعَوْنَ وَٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ ۚ كَذَّبُوا۟ بِـَٔايَٰتِ رَبِّهِمْ فَأَهْلَكْنَٰهُم بِذُنُوبِهِمْ وَأَغْرَقْنَآ ءَالَ فِرْعَوْنَ ۚ وَكُلٌّ كَانُوا۟ ظَٰلِمِينَ ﴿٥٤﴾

54. Ivyashikiye rero abagarariji, ni nk'ivyashikiye abantu ba Firawuni bagararije Musa, n'abantu b'aho hambere yabo bagararije Intumwa barungikiwe, gutyo Twebwe Allah Duca Tubahanira ivyaha vyabo. Twaranasomesheje nturi mw'ibahari abantu ba Firawuni. Kandi umugwi wose muri bo, warirenganije mu guhakana Intumwa, mu kugarariza ivyemezo vy'Imana Allah no kuyibangikanya.

إِنَّ شَرَّ ٱلدَّوَآبِّ عِندَ ٱللَّهِ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ فَهُمْ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿٥٥﴾

55. Mu vy'ukuri, ikiremwa kibi cane ku Mana Allah mu biremwa bigendagenda kw'isi, ni abagarariji batsimbatara ku bugarariji, bakareka kwemera Imana Imwe Rudende Allah mu kutubahiriza amabwirizwa yayo, bakanka no kwemera n'Intumwa zayo.

ٱلَّذِينَ عَٰهَدتَّ مِنْهُمْ ثُمَّ يَنقُضُونَ عَهْدَهُمْ فِى كُلِّ مَرَّةٍ وَهُمْ لَا يَتَّقُونَ ﴿٥٦﴾

56. Ntumwa y'Imana! Muri ivyo biremwa bibi rero, harimwo n'abayahudi wahaye isezerano ryo kutakurwanya canke kutifadikanya n'uwukurwanya, hanyuma barenga kuri nya sezerano kenshi uko bukeye uko bwije, eka ntibanatinya n'Imana Allah.

فَإِمَّا تَثْقَفَنَّهُمْ فِى ٱلْحَرْبِ فَشَرِّدْ بِهِم مَّنْ خَلْفَهُمْ لَعَلَّهُمْ يَذَّكَّرُونَ ﴿٥٧﴾

57. Niwaramuka rero uhanganye na bo ku rugamba, urabahana ubahashe vy'akarorero, kugira ngo n'abandi babonereho kutazosubira kurenga ku masezerano.

وَإِمَّا تَخَافَنَّ مِن قَوْمٍ خِيَانَةً فَٱنۢبِذْ إِلَيْهِمْ عَلَىٰ سَوَآءٍ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ ٱلْخَآئِنِينَ ﴿٥٨﴾

58. Ntumwa y'Imana! Niwatinya naho ko hogira abaguhemukira bitwaza amasezerano mufitaniye, mu gihe wamaze kubona ibimenyetso vy'iryo hemuka, uraheza ubitange mu guhagarika amasezerano mwari mufitaniye. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntikunda namba abahemuka mu kudohoka ku masezerano.

59. Abagararije Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, ntibibaze ko bananiye Imana Allah bakarusimba. Mu vy'ukuri, ntibashobora namba kunanira Imana Allah ngo basimbe ibihano vyayo.

وَلَا يَحۡسَبَنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ سَبَقُوٓاْۚ إِنَّهُمۡ لَا يُعۡجِزُونَ ٥٩

60. Bislamu! Muritegurira neza uko mushoboye kwose urugamba rwo guhangana n'abansi banyu, mu gutunganya ingabo n'ibirwanisho kugira ngo mutere ubwoba abansi b'Imana Allah, bakaba ari na bo bansi banyu, mutere ubwoba n'abandi mutaramenya ko ari abansi banyu, ariko Imana Allah Ikaba Ibazi n'ivyo bahishije mu mishaha. Ico ari co cose mutanze rero mu nzira yo guharanira idini ry'Imana Allah, caba gito canke kinini, Imana Allah Izokibasubiriza mu ndumane mukiri kw'isi, Iheze Inakibahembere mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kandi ntimuzorenganywa namba.

وَأَعِدُّواْ لَهُم مَّا ٱسۡتَطَعۡتُم مِّن قُوَّةٖ وَمِن رِّبَاطِ ٱلۡخَيۡلِ تُرۡهِبُونَ بِهِۦ عَدُوَّ ٱللَّهِ وَعَدُوَّكُمۡ وَءَاخَرِينَ مِن دُونِهِمۡ لَا تَعۡلَمُونَهُمُ ٱللَّهُ يَعۡلَمُهُمۡۚ وَمَا تُنفِقُواْ مِن شَيۡءٖ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ يُوَفَّ إِلَيۡكُمۡ وَأَنتُمۡ لَا تُظۡلَمُونَ ٦٠

61. Ntumwa y'Imana! Nibaramuka baretse kubarwanya bagafata inzira y'amahoro, uraheza ufate iyo nzira y'amahoro nyene, kandi wishimikize Imana Allah unayizere. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Yo Nyenukwumva, Irumva ivyo bavuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo bazirikana.

۞وَإِن جَنَحُواْ لِلسَّلۡمِ فَٱجۡنَحۡ لَهَا وَتَوَكَّلۡ عَلَى ٱللَّهِۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلۡعَلِيمُ ٦١

62. Nibashaka naho kwiyorobeka mu kurondera amahoro ngo bahave baguhinduka mu nyuma, mu vy'ukuri Imana Allah Irakwiye kugira Igukingire inabi yabo, ni Yo Yaguhaye intsinzi Inaguteza ingoga abemeramana[1];

وَإِن يُرِيدُوٓاْ أَن يَخۡدَعُوكَ فَإِنَّ حَسۡبَكَ ٱللَّهُۚ هُوَ ٱلَّذِيٓ أَيَّدَكَ بِنَصۡرِهِۦ وَبِٱلۡمُؤۡمِنِينَ ٦٢

63. Iraheza Iranabanywanisha inyuma yuko batacana uwaka. N'iyo utanga amatungo yose y'isi kugira ngo ubanywanishe ku bwawe, ntiwari kubishobora namba; ariko rero, Imana Allah Yarabanywanishije Ibahuriza ku kwemera, gutyo baba abavukanyi barangwa n'urukundo. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَأَلَّفَ بَيۡنَ قُلُوبِهِمۡۚ لَوۡ أَنفَقۡتَ مَا فِي ٱلۡأَرۡضِ جَمِيعٗا مَّآ أَلَّفۡتَ بَيۡنَ قُلُوبِهِمۡ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ أَلَّفَ بَيۡنَهُمۡۚ إِنَّهُۥ عَزِيزٌ حَكِيمٞ ٦٣

64. Ewe Muvugishwamana! Imana Allah Irakwiye kugira Igukingire inabi yabo. Eka n'abagukurikiye mu bemeramana barakwiye kugira bagukingire inabi yabo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِيُّ حَسۡبُكَ ٱللَّهُ وَمَنِ ٱتَّبَعَكَ مِنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ٦٤

65. Ewe Muvugishwamana! Himiriza abemeramana kurwana batiziganya. Muri mwebwe nihaba harimwo abantu mirongo ibiri bihangana ku rugamba, bazonesha abantu amajana abiri. Nihaba naho harimwo abantu ijana bihangana ku rugamba, bazonesha abantu igihumbi mu babangikanyamana, kuko ababangikanyamana badatahura indishi zagenewe abaharanira idini ry'Imana Allah.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِيُّ حَرِّضِ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ عَلَى ٱلۡقِتَالِۚ إِن يَكُن مِّنكُمۡ عِشۡرُونَ صَٰبِرُونَ يَغۡلِبُواْ مِاْئَتَيۡنِۚ وَإِن يَكُن مِّنكُم مِّاْئَةٞ يَغۡلِبُوٓاْ أَلۡفٗا مِّنَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِأَنَّهُمۡ قَوۡمٞ لَّا يَفۡقَهُونَ ٦٥

66. Bemeramana! Kuva ubu rero, ku kubera ingoga nke mufise, Imana Allah Iraborohereje; muri mwebwe nihaba harimwo abantu ijana bihangana, bazonesha abantu

ٱلۡـَٰٔنَ خَفَّفَ ٱللَّهُ عَنكُمۡ وَعَلِمَ أَنَّ فِيكُمۡ ضَعۡفٗاۚ فَإِن يَكُن مِّنكُم مِّاْئَةٞ

[1] Mu bimukira (Muhaajiriina) no mu basangwa (Answaari).

صَابِرَةٌ يَغْلِبُوا۟ مِا۟ئَتَيْنِ ۚ وَإِن يَكُن مِّنكُمْ أَلْفٌ يَغْلِبُوٓا۟ أَلْفَيْنِ بِإِذْنِ ٱللَّهِ ۗ وَٱللَّهُ مَعَ ٱلصَّٰبِرِينَ ﴿٦٦﴾

amajana abiri mu babangikanyamana. Nihaba naho harimwo abantu igihumbi bihangana, bazonesha abantu ibihumbi bibiri ku burenganzira bw'Imana Allah. Burya Imana Allah, Iri kumwe n'abihangana mu kubatera intege no kubashikana ku ntsinzi.

مَا كَانَ لِنَبِىٍّ أَن يَكُونَ لَهُۥٓ أَسْرَىٰ حَتَّىٰ يُثْخِنَ فِى ٱلْأَرْضِ ۚ تُرِيدُونَ عَرَضَ ٱلدُّنْيَا وَٱللَّهُ يُرِيدُ ٱلْءَاخِرَةَ ۗ وَٱللَّهُ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ﴿٦٧﴾

67. Ntivyari bibereye namba ko Umuvugishwamana yogira imbohe abamurwanya atabanje kurwana bigacika, abansi bagaheza bakamutinya, idini na ryo rigashinga imizi. Bislamu! Murondera kuronka ivy'isi bigizwe n'imbohozo zitangwa n'abagizwe imbohe ku rugamba rwa Badri, Imana Allah na Yo Ikarondera gutsimbataza idini ryayo rizobashikana ku buzima bwiza bw'inyuma yo gupfa. Burya Imana Allah, ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa; Intungane mu vyo Ikora.

لَّوْلَا كِتَٰبٌ مِّنَ ٱللَّهِ سَبَقَ لَمَسَّكُمْ فِيمَآ أَخَذْتُمْ عَذَابٌ عَظِيمٌ ﴿٦٨﴾

68. Iyo hataba rero ivyamaze kwandikwa mu vyagezwe n'Imana Allah, ko Yabarekuriye iminyago n'imbohozo z'abagizwe imbohe ku rugamba, mwari guhabwa igihano rutura ku kwihutira gutora iminyago n'imbohozo imbere yuko hashingwa ingingo ivyerekeye.

فَكُلُوا۟ مِمَّا غَنِمْتُمْ حَلَٰلًا طَيِّبًا ۚ وَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٦٩﴾

69. Kuva ubu rero, murarekuriwe gufungura mu minyago n'imbohozo, biri no mu vyiza murekuriwe, mwongere mutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِىُّ قُل لِّمَن فِىٓ أَيْدِيكُم مِّنَ ٱلْأَسْرَىٰٓ إِن يَعْلَمِ ٱللَّهُ فِى قُلُوبِكُمْ خَيْرًا يُؤْتِكُمْ خَيْرًا مِّمَّآ أُخِذَ مِنكُمْ وَيَغْفِرْ لَكُمْ ۚ وَٱللَّهُ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٧٠﴾

70. Ewe Muvugishwamana! Bwira abo warekuye mu mbohe zo ku rugamba rwa Badri ziri mu minwe yanyu, uti: "Ntimubabazwe n'imbohozo mwatanze! Imana Allah niyamenya ko imishaha yanyu irangwa n'iciza[1], Izoheza Ibahe ivyiza bisumba imbohozo mwatswe, Yongere Ibagumirize akabanga ku vyaha vyanyu, ntimubihanirwe. Burya Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo";

وَإِن يُرِيدُوا۟ خِيَانَتَكَ فَقَدْ خَانُوا۟ ٱللَّهَ مِن قَبْلُ فَأَمْكَنَ مِنْهُمْ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٌ ﴿٧١﴾

71. Muri izo mbohe warekuye rero, nihagira abashaka kuguhemukira bakakurwanya kandi, ntibizokubabaze ngo ucike intege, mu vy'ukuri baramaze guhemukira Imana Allah imbere y'aho, vyongeye baranakurwanije, maze Imana Allah Iraheza Iragushoboza kubanesha. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi ibiri mu mishaha, Intungane mu vyo Ikora.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَهَاجَرُوا۟ وَجَٰهَدُوا۟ بِأَمْوَٰلِهِمْ وَأَنفُسِهِمْ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ وَٱلَّذِينَ ءَاوَوا۟ وَّنَصَرُوٓا۟ أُو۟لَٰٓئِكَ بَعْضُهُمْ أَوْلِيَآءُ

72. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, bakimukira mu gihugu cubaha kikubahiriza ubwislamu[2], bakanaharanira idini ry'Imana Allah mu gutanga amatungo yabo no mu

[1] Mu bo Imana Allah Yubahirije iryo sezerano Yabahaye kuko berekanye ko imishaha yabo irangwa n'iciza, ni Al'Abbaasi n'abandi (Imana Allah Ibishimire).
[2] Canke bakimukira mu gihugu bishira bakizana mu kwemera kwabo.

kwitanga ubwabo; n'abasangwa bakiriye abimukira bagasabikanya na bo ivyo bafise, bakanatabara idini ry'Imana Allah, abo rero ni bo batabarana vy'ukuri hagati yabo. Nayo abemeye hanyuma ntibimuka ngo bave mu gihugu kibacinyiza, abo ntimutegetswe namba kubatabara gushika bimutse. Nibarenganywa mu kwemera kwabo bakabatabaza, murabitabira mubatabare, kiretse mu gihe borenganywa n'abo musanzwe mufitaniye amasezerano yo kudasotorana, aho ntimuzorenge na gato kuri nya masezerano. Burya Imana Allah, Irabona neza ivyo mukora, ni Nyenukubona;

بَعْضٍۚ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَلَمْ يُهَاجِرُواْ مَا لَكُم مِّن وَلَٰيَتِهِم مِّن شَيْءٍ حَتَّىٰ يُهَاجِرُواْۚ وَإِنِ ٱسْتَنصَرُوكُمْ فِي ٱلدِّينِ فَعَلَيْكُمُ ٱلنَّصْرُ إِلَّا عَلَىٰ قَوْمٍ بَيْنَكُمْ وَبَيْنَهُم مِّيثَٰقٌۗ وَٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ بَصِيرٌ ٧٢

73. Kukaba nkako rero, n'abagararije baratabarana hagati yabo. Bemeramana! Nimutatabarana rero hagati yanyu, hazoba igeragezwa kw'isi ku bemeramana mu kwemera kwabo, habe n'ubwononyi bwinshi bushingiye kw'iburagizwa ry'abemeramana.

وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بَعْضُهُمْ أَوْلِيَآءُ بَعْضٍۚ إِلَّا تَفْعَلُوهُ تَكُن فِتْنَةٌ فِي ٱلْأَرْضِ وَفَسَادٌ كَبِيرٌ ٧٣

74. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, bata izabo bakimukira mu gihugu cubaha kikubahiriza ubwislamu, banaharanira idini ry'Imana Allah kugira ritsimbatare, n'abasangwa bakiriye abimukira bagasabikanya na bo ivyo bafise bakanabatabara, abo ni bo bemeramana vy'ukuri rero. Bazogumirizwa akabanga ku vyaha vyabo, ntibabihanirwe; baheze baronke n'impano zubashwe kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru.

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَهَاجَرُواْ وَجَٰهَدُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَٱلَّذِينَ ءَاوَواْ وَّنَصَرُوٓاْ أُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُؤْمِنُونَ حَقًّاۚ لَّهُم مَّغْفِرَةٌ وَرِزْقٌ كَرِيمٌ ٧٤

75. N'abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo mu nyuma y'abo bimukira n'abasangwa, bagaheza bakimuka bagafadikanya na mwe mu guharanira idini ry'Imana Allah, abo na bo nyene baharurwa muri mwebwe abemeramana. Burya incuti mu bavandimwe, zigenda zisumbasumbana mu gutorana hisunzwe ingingo y'Imana Allah. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irazi neza igitunganye mu gutorana, ni Nyenubumenyikurivyose.

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مِنۢ بَعْدُ وَهَاجَرُواْ وَجَٰهَدُواْ مَعَكُمْ فَأُوْلَٰٓئِكَ مِنكُمْۚ وَأُوْلُواْ ٱلْأَرْحَامِ بَعْضُهُمْ أَوْلَىٰ بِبَعْضٍ فِي كِتَٰبِ ٱللَّهِۗ إِنَّ ٱللَّهَ بِكُلِّ شَيْءٍ عَلِيمٌ ٧٥

9. At-Tawba (Ukwigaya)
Aayah 129, Madina

1. Iri ni ivavanura rishizwe ahabona n'Imana Allah n'Intumwa yayo, ivavanura ryerekeye ihagarikwa ry'amasezerano mwagiraniye n'ababangikanyamana.

بَرَآءَةٌ مِّنَ ٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦٓ إِلَى ٱلَّذِينَ عَٰهَدتُّم مِّنَ ٱلْمُشْرِكِينَ ١

2. Babangikanyamana! Nimwidegemvye aho mushaka hose kw'isi mu kiringo c'amezi ane, mutekaniwe ata n'uwubakomakoma, kandi mumenye ko mutazonanira Imana Allah ngo mucike ibihano vyayo, munamenye ko

فَسِيحُواْ فِي ٱلْأَرْضِ أَرْبَعَةَ أَشْهُرٍ وَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّكُمْ غَيْرُ مُعْجِزِي ٱللَّهِ وَأَنَّ ٱللَّهَ مُخْزِي ٱلْكَٰفِرِينَ ٢

Imana Allah Izotetereza abagarariji, bagayike kw'isi, binjizwe no mu muriro mu buzima bw'inyuma yo gupfa[1].

وَأَذَٰنٌ مِّنَ ٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦٓ إِلَى ٱلنَّاسِ يَوْمَ ٱلْحَجِّ ٱلْأَكْبَرِ أَنَّ ٱللَّهَ بَرِيٓءٌ مِّنَ ٱلْمُشْرِكِينَ وَرَسُولُهُۥ ۚ فَإِن تُبْتُمْ فَهُوَ خَيْرٌ لَّكُمْ ۖ وَإِن تَوَلَّيْتُمْ فَٱعْلَمُوٓا۟ أَنَّكُمْ غَيْرُ مُعْجِزِى ٱللَّهِ ۗ وَبَشِّرِ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ بِعَذَابٍ أَلِيمٍ ۝٣

3. Iri rero, ni itangazo rivuye ku Mana Allah n'Intumwa yayo, rikaba rishikirijwe abantu bose ku musi mukuru w'ishengerera ry'ingoro ntagatifu; ko Imana Allah n'Intumwa yayo bavavanuye n'ababangikanyamana. Babangikanyamana! Nimwigaya mukagaruka ku Mana Allah, bizoba ari vyo vyiza cane kuri mwebwe; nimwagenza umugongo naho, mukanka kwinjira mu bwislamu, muramenya ko mutazonanira Imana Allah ngo mucike ibihano vyayo. Ntumwa y'Imana! Shikiriza rero inkuru y'incamugongo abagararije ubwislamu, ko barindiriwe n'ibihano bibabaza.

إِلَّا ٱلَّذِينَ عَٰهَدتُّم مِّنَ ٱلْمُشْرِكِينَ ثُمَّ لَمْ يَنقُصُوكُمْ شَيْـًٔا وَلَمْ يُظَٰهِرُوا۟ عَلَيْكُمْ أَحَدًا فَأَتِمُّوٓا۟ إِلَيْهِمْ عَهْدَهُمْ إِلَىٰ مُدَّتِهِمْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلْمُتَّقِينَ ۝٤

4. Ku bafatwa n'iyo ngingo, havuyemwo gusa abo mufitaniye amasezerano afise ikiringo kizwi, bakaba batayadohotseko, batifadikanije n'umwansi mu kubarwanya, abo rero murubahiriza amasezerano mufitaniye gushika ikiringo cayo kirangire. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irakunda abagamburukiramana badahemuka mu kwubahiriza amasezerano.

فَإِذَا ٱنسَلَخَ ٱلْأَشْهُرُ ٱلْحُرُمُ فَٱقْتُلُوا۟ ٱلْمُشْرِكِينَ حَيْثُ وَجَدتُّمُوهُمْ وَخُذُوهُمْ وَٱحْصُرُوهُمْ وَٱقْعُدُوا۟ لَهُمْ كُلَّ مَرْصَدٍ ۚ فَإِن تَابُوا۟ وَأَقَامُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتَوُا۟ ٱلزَّكَوٰةَ فَخَلُّوا۟ سَبِيلَهُمْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ۝٥

5. Ikiringo c'amezi ane matagatifu rero nicarangira, muraheza murwanye ababangikanyamana aho muzobasanga hose, mubafatire n'ibihano vy'ubutunzi, mubategere aho hose baca. Nibaramuka bigaye bakagaruka ku Mana Allah, bagatsimbataza n'amasengesho, bagatanga n'ishikanwa-bwirizwa, muraca mubareka bidegemvye kuko bazoba bamaze kuba benewanyu mu kwemera. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِنْ أَحَدٌ مِّنَ ٱلْمُشْرِكِينَ ٱسْتَجَارَكَ فَأَجِرْهُ حَتَّىٰ يَسْمَعَ كَلَٰمَ ٱللَّهِ ثُمَّ أَبْلِغْهُ مَأْمَنَهُۥ ۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ قَوْمٌ لَّا يَعْلَمُونَ ۝٦

6. Ntumwa y'Imana! Nihagira uwugeramirwa mu babangikanyamana, ubuzima n'amatungo vyiwe bigahungabanywa maze akaguhungirako, uramuha ubuhungiro, maze umwakire kugira kamubere akaryo ko kwumva ukuri ku majambo y'Imana Allah ya Qor'ani; hanyuma yipfuje gusubira mu rwiwe, uramushikana mu mahoro n'umutekano nta ngere. Ivyo biri ukwo, kuko ababangikanyamana ari abantu badatahura ukuri ku vyerekeye ubwislamu.

كَيْفَ يَكُونُ لِلْمُشْرِكِينَ عَهْدٌ عِندَ ٱللَّهِ وَعِندَ رَسُولِهِۦٓ إِلَّا ٱلَّذِينَ عَٰهَدتُّمْ عِندَ

7. Ababangikanyamana ntibakwiye kugira isezerano ku Mana Allah n'Intumwa yayo ryubahirizwa, kiretse abo mwasezeraniye mu micungararo y'umusigiti mutagatifu w'i

[1] Iyi Aayah, yerekeye amasezerano abislamu bari bafitaniye n'ababangikanyamana, na canecane amasezerano yamaho, canke ayafise ikiringo kitagera ku mezi ane boheza bakayubahiriza gushika ku mezi ane, canke amasezerano yadohotsweko n'ababangikanyamana.

Makka, amasezerano ya Al-Hudaybiyya; mu gihe cose bazoba bacubahiriza nya masezerano rero, muraheza muyubahirize. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irakunda abagamburukiramana badahemuka mu kwubahiriza amasezerano.

ٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِ ۖ فَمَا ٱسْتَقَٰمُوا۟ لَكُمْ فَٱسْتَقِيمُوا۟ لَهُمْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلْمُتَّقِينَ ﴿٧﴾

8. Mu gihe boramuka babanesheje, ntibokwubaha ngo bubahirize ubucuti mufitaniye, eka nta n'amasezerano bokwubahiriza[1]. Ntimuhendwe rero n'umubano mwiza babereka mu gihe batekewe n'ubwoba, bakababaha akarimi gasosa kugira babashimishe bitavuye ku mutima. Burya abenshi mu babangikanyamana, ni ibigaba birenga ku mabwirizwa, bikadohoka no ku masezerano.

كَيْفَ وَإِن يَظْهَرُوا۟ عَلَيْكُمْ لَا يَرْقُبُوا۟ فِيكُمْ إِلًّا وَلَا ذِمَّةً ۚ يُرْضُونَكُم بِأَفْوَٰهِهِمْ وَتَأْبَىٰ قُلُوبُهُمْ وَأَكْثَرُهُمْ فَٰسِقُونَ ﴿٨﴾

9. Bagujije Aayah z'Imana Allah ku kiguzi gito c'ivy'isi, baraheza barwanya ukuri baburagiza abantu kwinjira mu bwislamu. Mu vy'ukuri, ni bibi cane ivyo bakora.

ٱشْتَرَوْا۟ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ ثَمَنًا قَلِيلًا فَصَدُّوا۟ عَن سَبِيلِهِۦٓ ۚ إِنَّهُمْ سَآءَ مَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿٩﴾

10. Ababangikanyamana mu kurwanya ubwislamu, ntibubaha ngo bubahirize ubucuti mufitaniye, eka nta n'isezerano bubahiriza. Abo ni na bo rero barangwa n'akarenganyo.

لَا يَرْقُبُونَ فِى مُؤْمِنٍ إِلًّا وَلَا ذِمَّةً ۚ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُعْتَدُونَ ﴿١٠﴾

11. Nibigaya bakagaruka ku Mana Allah bakayemera, bagatsimbataza n'amasengesho, bagatanga n'ishikanwa-bwirizwa, mu vy'ukuri bazoba ari benewanyu mu kwemera. Ni ukwo rero Twebwe Allah Dutomorera Aayah zacu abantu bazitahura, zikagira ico zibamariye.

فَإِن تَابُوا۟ وَأَقَامُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتَوُا۟ ٱلزَّكَوٰةَ فَإِخْوَٰنُكُمْ فِى ٱلدِّينِ ۗ وَنُفَصِّلُ ٱلْـَٔايَٰتِ لِقَوْمٍ يَعْلَمُونَ ﴿١١﴾

12. Nibadohoka ku masezerano mufitaniye, bagatyoza n'idini ryanyu ry'ubwislamu, muraheza murwanye indongozi z'ubugarariji zitigera zubaha ngo zubahirize isezerano, eka nta n'ubucuti zubahiriza. Murazirwanya rero kugira zihagarike agasotoro n'urwanko.

وَإِن نَّكَثُوٓا۟ أَيْمَٰنَهُم مِّنۢ بَعْدِ عَهْدِهِمْ وَطَعَنُوا۟ فِى دِينِكُمْ فَقَٰتِلُوٓا۟ أَئِمَّةَ ٱلْكُفْرِ ۙ إِنَّهُمْ لَآ أَيْمَٰنَ لَهُمْ لَعَلَّهُمْ يَنتَهُونَ ﴿١٢﴾

13. Bemeramana! Ubwo ntimworwanya abantu badohotse ku masezerano mufitaniye, bagashaka no kwomora Intumwa y'Imana mu gisagara ca Makka! Kanatsinda, ni na bo batanguye kubahohotera. Mbega none murabatinya canke mutinya guhangana na bo ku rugamba! Burya Imana Allah, ni Yo mukwiye gutinya vy'ukuri nimwaba muri abemaramana vy'ukuri.

أَلَا تُقَٰتِلُونَ قَوْمًا نَّكَثُوٓا۟ أَيْمَٰنَهُمْ وَهَمُّوا۟ بِإِخْرَاجِ ٱلرَّسُولِ وَهُم بَدَءُوكُمْ أَوَّلَ مَرَّةٍ ۚ أَتَخْشَوْنَهُمْ ۚ فَٱللَّهُ أَحَقُّ أَن تَخْشَوْهُ إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿١٣﴾

14. Bemeramana! Nimurwanye abansi b'Imana Allah kugira Ibahane Inabatetereze biciye kuri mwebwe, Ibashoboze no kubanesha, gutyo ijambo ryayo ryubahwe, Itururuze n'imashaha y'abemeramana;

قَٰتِلُوهُمْ يُعَذِّبْهُمُ ٱللَّهُ بِأَيْدِيكُمْ وَيُخْزِهِمْ وَيَنصُرْكُمْ عَلَيْهِمْ وَيَشْفِ صُدُورَ قَوْمٍ مُّؤْمِنِينَ ﴿١٤﴾

[1] Kuko ababangikanyamana bubahiriza amasezerano mu gihe baneshejwe, batekewe n'ubwoba.

15. Ibamare n'ishavu. Uwuzokwigaya muri bo, Imana Allah Izokwumvira uwo Ishatse. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi uwigaya vy'ukuri, Intungane mu vyo Ikora.

وَيُذْهِبْ غَيْظَ قُلُوبِهِمْ ۗ وَيَتُوبُ ٱللَّهُ عَلَىٰ مَن يَشَآءُ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٌ ﴿١٥﴾

16. Bemeramana! Mbega mwibaza ko Imana Allah Yobareka ukwo mutageragejwe, ngo Yerekane mu vyo Isanzwe Izi abayiharanira vy'ukuri, batigera bagira abagenzi somambike, abateye kubiri n'Imana Allah, Intumwa yayo n'abemeramana! Burya Imana Allah, ni Muhetuziwavyose, Irazi ivyo mukora vyose kandi Izobibahembera.

أَمْ حَسِبْتُمْ أَن تُتْرَكُوا۟ وَلَمَّا يَعْلَمِ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ جَٰهَدُوا۟ مِنكُمْ وَلَمْ يَتَّخِذُوا۟ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَلَا رَسُولِهِۦ وَلَا ٱلْمُؤْمِنِينَ وَلِيجَةً ۚ وَٱللَّهُ خَبِيرٌۢ بِمَا تَعْمَلُونَ ﴿١٦﴾

17. Nta ho vyakabaye ko ababangikanyamana bubaka bakitwararika imisigiti y'Imana Allah, kandi basanzwe bemanga ko bagarariza Imana Allah bakanayibangikanya. Abo ni bo rero, ibikorwa vyabo bizoba impfagusa ku musi w'izuka, bashoke bashirwa mu muriro ibihe bidahera.

مَا كَانَ لِلْمُشْرِكِينَ أَن يَعْمُرُوا۟ مَسَٰجِدَ ٱللَّهِ شَٰهِدِينَ عَلَىٰٓ أَنفُسِهِم بِٱلْكُفْرِ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ حَبِطَتْ أَعْمَٰلُهُمْ وَفِى ٱلنَّارِ هُمْ خَٰلِدُونَ ﴿١٧﴾

18. Mu vy'ukuri, abubaka bakitwararika imisigiti y'Imana Allah, ni abemera Imana Allah n'umusi w'iherezo, bagatsimbataza n'amasengesho, bagatanga n'ishikanwa-bwirizwa, ntibanatinye n'igitsure c'uwo ari we wese mu vyo bakora kiretse Imana Allah. Abo ni bo bagororotsi rero vy'ukuri.

إِنَّمَا يَعْمُرُ مَسَٰجِدَ ٱللَّهِ مَنْ ءَامَنَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ وَأَقَامَ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتَى ٱلزَّكَوٰةَ وَلَمْ يَخْشَ إِلَّا ٱللَّهَ ۖ فَعَسَىٰٓ أُو۟لَٰٓئِكَ أَن يَكُونُوا۟ مِنَ ٱلْمُهْتَدِينَ ﴿١٨﴾

19. Bantu! Mbega none ukunywesha abashengerera ingoro ntagatifu hamwe n'ukwitwararika umusigiti mutagatifu w'i Makka, mwabigize nk'ukwemera kw'uwemeye Imana Allah n'umusi w'iherezo, akanaharanira idini ry'Imana Allah! Eka nta ho bisa bisana na gato ku Mana Allah kuko Itakira ibikorwa bidashingiye ku kwemera. Burya Imana Allah, ntishoboza gukora ivyiza bitegetswe abantu birenganya mu kuyibangikanya.

أَجَعَلْتُمْ سِقَايَةَ ٱلْحَآجِّ وَعِمَارَةَ ٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِ كَمَنْ ءَامَنَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ وَجَٰهَدَ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ ۚ لَا يَسْتَوُۥنَ عِندَ ٱللَّهِ ۗ وَٱللَّهُ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٩﴾

20. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, bakanimukira mu gihugu cubaha kikubahiriza ubwislamu, bagaharanira n'idini ry'Imana Allah mu gutanga amatungo yabo no mu kwitanga bo nyene ubwabo, barafise urwego ruhambaye ku Mana Allah, ni na bo rero benintsinzi y'Ubwami bw'ijuru.

ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَهَاجَرُوا۟ وَجَٰهَدُوا۟ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ بِأَمْوَٰلِهِمْ وَأَنفُسِهِمْ أَعْظَمُ دَرَجَةً عِندَ ٱللَّهِ ۚ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْفَآئِزُونَ ﴿٢٠﴾

21. Imana yabo Rurema Allah, Irabahumurije ko Ibafitiye impuhwe kandi Ibishimiye, n'uko bagenewe imirima itotahaye mu Bwami bw'ijuru, bategekanirijwemwo inema zamaho;

يُبَشِّرُهُمْ رَبُّهُم بِرَحْمَةٍ مِّنْهُ وَرِضْوَٰنٍ وَجَنَّٰتٍ لَّهُمْ فِيهَا نَعِيمٌ مُّقِيمٌ ﴿٢١﴾

22. Bazoba muri nya mirima ibihe bidahera mu nema zamaho. Mu vy'ukuri, ku Mana Allah hari indishi ihambaye.

خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدًا ۚ إِنَّ ٱللَّهَ عِندَهُۥٓ أَجْرٌ عَظِيمٌ ﴿٢٢﴾

23. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukagire ba so na benewanyu, n'abandi mu ncuti zanyu zishikira abagenzi somambike muhishuka amabanga y'abislamu, mukabahanuza mu vyanyu, mu gihe ha kuba abislamu bahisemwo kugarariza no kurwanya ubwislamu. Uwo wese muri mwebwe rero azocudika na bo akabagira abagenzi somambike, azoba ari mu bacumuye, birenganije.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَتَّخِذُوٓاْ ءَابَآءَكُمۡ وَإِخۡوَٰنَكُمۡ أَوۡلِيَآءَ إِنِ ٱسۡتَحَبُّواْ ٱلۡكُفۡرَ عَلَى ٱلۡإِيمَٰنِۚ وَمَن يَتَوَلَّهُم مِّنكُمۡ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ٢٣

24. Ntumwa y'Imana! Bwira abemeramana uti: "Nimwahitamwo gukunda ba so, abana banyu, benewanyu, abakenyezi banyu, incuti zanyu, amatungo mwegeranije, urudandazwa mutinya ko rwohomba, amazu mubamwo ateye igomwe, maze mukabikunda kurusha urukundo mukunda Imana Allah n'Intumwa yayo hamwe no guharanira idini ryayo, nimurindire rero mwitege ibihano vy'Imana Allah. Burya Imana Allah, ntishoboza kurongoka mu nzira yayo ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo".

قُلۡ إِن كَانَ ءَابَآؤُكُمۡ وَأَبۡنَآؤُكُمۡ وَإِخۡوَٰنُكُمۡ وَأَزۡوَٰجُكُمۡ وَعَشِيرَتُكُمۡ وَأَمۡوَٰلٌ ٱقۡتَرَفۡتُمُوهَا وَتِجَٰرَةٞ تَخۡشَوۡنَ كَسَادَهَا وَمَسَٰكِنُ تَرۡضَوۡنَهَآ أَحَبَّ إِلَيۡكُم مِّنَ ٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَجِهَادٖ فِي سَبِيلِهِۦ فَتَرَبَّصُواْ حَتَّىٰ يَأۡتِيَ ٱللَّهُ بِأَمۡرِهِۦۗ وَٱللَّهُ لَا يَهۡدِي ٱلۡقَوۡمَ ٱلۡفَٰسِقِينَ ٢٤

25. Bemeramana! Ni ukuri, Imana Allah Iramaze kubashikana ku ntsinzi ahantu henshi, inyuma y'aho mugiriye imyiteguro isabwa mukanayishimikiza mukayizera. Ku musi w'urugamba rwa "Hunayini" mwavuze mwigamba muti: "Uno musi, ntitugenda tuneshejwe ku gukehanirwa kw'ingabo n'ibirwanisho!", mwishimira ubwinshi bw'ingabo zanyu ata na kimwe zabamariye, maze umwansi arabatera mubura isaganirizo, isi irabagira kandi isanzwe yagutse, hanyuma murata muromoka mwaneshejwe, mutungwa n'ayo mwameze mugenda mutazambaye.

لَقَدۡ نَصَرَكُمُ ٱللَّهُ فِي مَوَاطِنَ كَثِيرَةٖ وَيَوۡمَ حُنَيۡنٍ إِذۡ أَعۡجَبَتۡكُمۡ كَثۡرَتُكُمۡ فَلَمۡ تُغۡنِ عَنكُمۡ شَيۡـٔٗا وَضَاقَتۡ عَلَيۡكُمُ ٱلۡأَرۡضُ بِمَا رَحُبَتۡ ثُمَّ وَلَّيۡتُم مُّدۡبِرِينَ ٢٥

26. Mu nyuma, ni ho rero Imana Allah Yamanurira ituze n'itekane Intumwa yayo hamwe n'abemeramana baraheza baraguma ku rugamba, Ibateza ingoga ingabo z'abamalayika mutigeze mubona zivuye mw'ijuru, guryo Irabashikana ku ntsinzi, Iranahana n'abagararije. Ico rero, ni co gihano c'abarwanya idini ry'Imana Allah bagahakana bivuye inyuma n'Intumwa yayo.

ثُمَّ أَنزَلَ ٱللَّهُ سَكِينَتَهُۥ عَلَىٰ رَسُولِهِۦ وَعَلَى ٱلۡمُؤۡمِنِينَ وَأَنزَلَ جُنُودٗا لَّمۡ تَرَوۡهَا وَعَذَّبَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْۚ وَذَٰلِكَ جَزَآءُ ٱلۡكَٰفِرِينَ ٢٦

27. Inyuma y'ivyo vyose rero, abazokwigaya bakavavanura n'ubugarariji bakaninjira mu bwislamu, Imana Allah Izoheza Yumvire uwo Ishatse muri bo, Imubabarire ivyaha vyiwe. Burya Imana Allah, ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

ثُمَّ يَتُوبُ ٱللَّهُ مِنۢ بَعۡدِ ذَٰلِكَ عَلَىٰ مَن يَشَآءُۗ وَٱللَّهُ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٢٧

28. Emwe bemeramana! Ni ukuri, ababangikanyamana barahumanye, ntimukabarekurire kwegera umusigiti mutagatifu w'i Makka inyuma y'uwu mwaka w'icenda kuva Intumwa yimutse. Nimwagira impungenge ko hoba inkurikizi z'ubukene zitewe n'ihagarikwa ry'ibidandazwa vyabo, Imana Allah niyabishaka Izobakenura, Ibahe mu ngabirano zayo. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi uko mubayeho; Intungane mu vyo Ikora.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِنَّمَا ٱلۡمُشۡرِكُونَ نَجَسٞ فَلَا يَقۡرَبُواْ ٱلۡمَسۡجِدَ ٱلۡحَرَامَ بَعۡدَ عَامِهِمۡ هَٰذَاۚ وَإِنۡ خِفۡتُمۡ عَيۡلَةٗ فَسَوۡفَ يُغۡنِيكُمُ ٱللَّهُ مِن فَضۡلِهِۦٓ إِن شَآءَۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٌ حَكِيمٞ ٢٨

29. Bislamu! Nimurwanye abagarariji mu bahawe Igitabu batemera Imana Allah, batemera n'umusi w'iherezo[1], batubahiriza amabwirizwa y'ivyaziririjwe n'Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo, batanubaha ngo bubahirize n'amabwirizwa y'ubwislamu, gushika batanze ikori ku bwabo, baciye bugufi.

قَٰتِلُواْ ٱلَّذِينَ لَا يُؤۡمِنُونَ بِٱللَّهِ وَلَا بِٱلۡيَوۡمِ ٱلۡأٓخِرِ وَلَا يُحَرِّمُونَ مَا حَرَّمَ ٱللَّهُ وَرَسُولُهُۥ وَلَا يَدِينُونَ دِينَ ٱلۡحَقِّ مِنَ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلۡكِتَٰبَ حَتَّىٰ يُعۡطُواْ ٱلۡجِزۡيَةَ عَن يَدٖ وَهُمۡ صَٰغِرُونَ ٢٩

30. Abayahudi barabangikanije Imana Allah mu kuvuga bati: "Uzairi[2] ni umwana w'Imana Allah". N'abanaswara nyene barabangikanije Imana Allah mu kuvuga bati: "Masiihi mwene Mariyamu, ni umwana w'Imana Allah". Iryo ni ijambo ryavuye mu kanwa kabo. Iyo mvugo yabo rero ishusha n'imvugo y'ababangikanyamana bo hambere yabo. Barakicwa n'Imana Allah! Ni gute bemanga ikinyoma bakirengagiza ukuri!

وَقَالَتِ ٱلۡيَهُودُ عُزَيۡرٌ ٱبۡنُ ٱللَّهِ وَقَالَتِ ٱلنَّصَٰرَى ٱلۡمَسِيحُ ٱبۡنُ ٱللَّهِۖ ذَٰلِكَ قَوۡلُهُم بِأَفۡوَٰهِهِمۡۖ يُضَٰهِـُٔونَ قَوۡلَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ مِن قَبۡلُۚ قَٰتَلَهُمُ ٱللَّهُۖ أَنَّىٰ يُؤۡفَكُونَ ٣٠

31. Bagize abamenyi n'abasenzi muri bo ibigirwamana mu gishingo c'Imana Allah, maze na vyo bibashingira ingingo bubahiriza ha kwubahiriza amabwirizwa yayo. Bagize na Masiihi Isa mwene Mariyamu imana, baraheza baramusenga, kandi batigeze bategekwa kiretse ugusenga Imana Imwe Rudende Allah batayibangikanya n'ikintu na kimwe. Nta mana rero ibwirijwe gusengwa atari Yo gusa. Nininahazwe mu buryo burengeye cane ivyo bayibangikanya.

ٱتَّخَذُوٓاْ أَحۡبَارَهُمۡ وَرُهۡبَٰنَهُمۡ أَرۡبَابٗا مِّن دُونِ ٱللَّهِ وَٱلۡمَسِيحَ ٱبۡنَ مَرۡيَمَ وَمَآ أُمِرُوٓاْ إِلَّا لِيَعۡبُدُوٓاْ إِلَٰهٗا وَٰحِدٗاۖ لَّآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَۚ سُبۡحَٰنَهُۥ عَمَّا يُشۡرِكُونَ ٣١

32. Abagarariji bita ku rutare mu guhakana bivuye inyuma ivyemezo vyerekana ko hakwiye gusengwa Imana Imwe Rudende Allah, bashaka kuzimanganya umuco w'idini ry'ubwislamu, Imana Allah na Yo Ikanka ko hari ico bashikako, maze Igasasagaza umuco w'idini ryayo rikaganza n'aho vyobabaza abagarariji.

يُرِيدُونَ أَن يُطۡفِـُٔواْ نُورَ ٱللَّهِ بِأَفۡوَٰهِهِمۡ وَيَأۡبَى ٱللَّهُ إِلَّآ أَن يُتِمَّ نُورَهُۥ وَلَوۡ كَرِهَ ٱلۡكَٰفِرُونَ ٣٢

[1] Ntibemera izuka ry'ibiremwa n'impera bizoronka ku vyo vyakoze.
[2] Uzairu, ni umweranda muri Bene Israyeli yafashe Tawurati ku mutwe, maze Bene Israyeli bamwita umwana w'Imana.

33. Imana Allah, ni Yo Yarungikanye Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) Igitabu ca Qor'ani n'idini ry'ubwislamu, kugira iryo dini riganze ayandi madini yose n'aho vyobabaza ababangikanyamana.

هُوَ ٱلَّذِىٓ أَرۡسَلَ رَسُولَهُۥ بِٱلۡهُدَىٰ وَدِينِ ٱلۡحَقِّ لِيُظۡهِرَهُۥ عَلَى ٱلدِّينِ كُلِّهِۦ وَلَوۡ كَرِهَ ٱلۡمُشۡرِكُونَ ٣٣

34. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Mu vy'ukuri, abenshi mu bamenyi n'abasenzi mu bahawe Igitabu, bihereza amatungo y'abantu badafiseko uburenganzira, bakanaburagiza abantu kwinjira mu bwislamu. Ntumwa y'Imana! Abaziganya amatungo ntibaheze ngo bayatangeko ishikanwa-bwirizwa n'izindi mperezwa zisabwa ku matungo, bashikirize inkuru y'incamugongo ko bategekanirijwe ibihano bibabaza ku musi w'izuka;

۞يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِنَّ كَثِيرٗا مِّنَ ٱلۡأَحۡبَارِ وَٱلرُّهۡبَانِ لَيَأۡكُلُونَ أَمۡوَٰلَ ٱلنَّاسِ بِٱلۡبَٰطِلِ وَيَصُدُّونَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِۗ وَٱلَّذِينَ يَكۡنِزُونَ ٱلذَّهَبَ وَٱلۡفِضَّةَ وَلَا يُنفِقُونَهَا فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ فَبَشِّرۡهُم بِعَذَابٍ أَلِيمٖ ٣٤

35. Umusi ubutare bw'inzahabu n'ubw'umwakaka bwayongejwe mu muriro wa Jahannamu, bagaheza bakababurwa na nya butare mu ruhanga, mu mbavu no mu mugongo, bazobwirwa n'agashinyaguro n'akantu bati: "Iki ni co gihano c'amatungo mwiziganirije ntimwayatangako umugabane usabwa. Enda rero, nimuhonje ibihano vy'ivyo mwari mwaraziganije kw'isi, mukanka kubitangako umugabane usabwa".

يَوۡمَ يُحۡمَىٰ عَلَيۡهَا فِي نَارِ جَهَنَّمَ فَتُكۡوَىٰ بِهَا جِبَاهُهُمۡ وَجُنُوبُهُمۡ وَظُهُورُهُمۡۖ هَٰذَا مَا كَنَزۡتُمۡ لِأَنفُسِكُمۡ فَذُوقُواْ مَا كُنتُمۡ تَكۡنِزُونَ ٣٥

36. Mu vy'ukuri, igitigiri c'amezi y'ikirangamisi c'umwaka cisunga ingingo y'Imana Allah, mu vyagezwe ku kibaho kibungabunzwe kuva umusi Irema amajuru n'isi, ni amezi cumi n'abiri; muri yo, harimwo amezi ane matagatifu[1] Imana Allah Yabujijemwo gutera indwano. Ukwisunga ico kirangamisi rero, ni ryo dini rigororotse, ntimugahirahire ngo mwirenganye muri ayo mezi[2]. Muraheza rero murwanye ababangikanyamana bose nk'uko babarwanya mwese, mumenye kandi ko Imana Allah Iri kumwe n'abagamburukiramana mu kubatera ingoga no mu kubashikana ku ntsinzi.

إِنَّ عِدَّةَ ٱلشُّهُورِ عِندَ ٱللَّهِ ٱثۡنَا عَشَرَ شَهۡرٗا فِي كِتَٰبِ ٱللَّهِ يَوۡمَ خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ مِنۡهَآ أَرۡبَعَةٌ حُرُمٞۚ ذَٰلِكَ ٱلدِّينُ ٱلۡقَيِّمُۚ فَلَا تَظۡلِمُواْ فِيهِنَّ أَنفُسَكُمۡۚ وَقَٰتِلُواْ ٱلۡمُشۡرِكِينَ كَآفَّةٗ كَمَا يُقَٰتِلُونَكُمۡ كَآفَّةٗۚ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ مَعَ ٱلۡمُتَّقِينَ ٣٦

37. Ni ukuri, uguhindura amazina y'ayo mezi matagatifu kiziramwo kurwana, agahabwa amazina y'ayandi mezi arekuwemwo kurwana, ni ukwimonogoza mu bugarariji, ni n'uburyo shetani ikoresha mu guhubisha abagararije. Bazirura kurwana mu kwezi gutagatifu, bagahindura izina ryakwo muri uyu mwaka, bakazosubira kukuziririza mu mwaka ukurikira, kugira bubahirize gusa igitigiri c'amezi matagatifu uko ari ane ku mwaka, ivyo bigatuma bazirura

إِنَّمَا ٱلنَّسِيٓءُ زِيَادَةٞ فِي ٱلۡكُفۡرِۖ يُضَلُّ بِهِ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ يُحِلُّونَهُۥ عَامٗا وَيُحَرِّمُونَهُۥ عَامٗا لِّيُوَاطِـُٔواْ عِدَّةَ مَا حَرَّمَ ٱللَّهُ فَيُحِلُّواْ مَا حَرَّمَ ٱللَّهُۚ زُيِّنَ لَهُمۡ سُوٓءُ أَعۡمَٰلِهِمۡۗ وَٱللَّهُ لَا يَهۡدِي ٱلۡقَوۡمَ ٱلۡكَٰفِرِينَ ٣٧

[1] Ayo mezi, ni ukwezi kwa 11 "Dhu l-Qa'da", ukwa 12 "Dhu l-Hijja", ukwa 1 "Muharram" n'ukwa 7 "Rajab".

[2] Kuko icaha gikozwe muri ayo mezi gifise ibihano ruhasha bisumba ibihano vy'uwogikora mu yandi mezi.

muri yo, ayari asanzwe yaraziririjwe n'Imana Allah[1]. Shetani yarabaryohereje ububi bw'ibikorwa vyabo. Burya Imana Allah, ntishoboza kurongoka mu nzira yayo abantu b'abagarariji.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مَا لَكُمۡ إِذَا قِيلَ لَكُمُ ٱنفِرُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ ٱثَّاقَلۡتُمۡ إِلَى ٱلۡأَرۡضِۚ أَرَضِيتُم بِٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَا مِنَ ٱلۡأٓخِرَةِۚ فَمَا مَتَٰعُ ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَا فِي ٱلۡأٓخِرَةِ إِلَّا قَلِيلٌ ٣٨

38. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Bigenda gute, ko iyo mubwiwe muti: "Nimusidukane n'iyonka muje kurwanira idini ry'Imana Allah", muca munebwa ntimuve hasi! Mbega mwashimye guhitamwo ubuzima bwo kw'isi ha guhitamwo ubuzima bw'inyuma yo gupfa! Burya ukuryoherwa n'ivyiza bike vyo kw'isi, kumara akanya gato cane ugereranije n'ukuryoherwa n'ivyiza vyinshi vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, bizokwamaho ibihe bidahera.

إِلَّا تَنفِرُواْ يُعَذِّبۡكُمۡ عَذَابًا أَلِيمٗا وَيَسۡتَبۡدِلۡ قَوۡمًا غَيۡرَكُمۡ وَلَا تَضُرُّوهُ شَيۡـٔٗاۗ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٌ ٣٩

39. Bemeramana! Nimutasidukana n'iyonka mukaja kurwanya abansi banyu, Imana Allah Izobaha ibihano bibabaza, Iheze Izane abandi bantu batari nkamwe bagamburukira Imana Allah n'Intumwa yayo, kandi nta n'ico muzokwicira Imana Allah. Burya Imana Allah, ni Mushoboravyose, Irashoboye gukingira idini ryayo n'Intumwa yayo.

إِلَّا تَنصُرُوهُ فَقَدۡ نَصَرَهُ ٱللَّهُ إِذۡ أَخۡرَجَهُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ ثَانِيَ ٱثۡنَيۡنِ إِذۡ هُمَا فِي ٱلۡغَارِ إِذۡ يَقُولُ لِصَٰحِبِهِۦ لَا تَحۡزَنۡ إِنَّ ٱللَّهَ مَعَنَاۖ فَأَنزَلَ ٱللَّهُ سَكِينَتَهُۥ عَلَيۡهِ وَأَيَّدَهُۥ بِجُنُودٖ لَّمۡ تَرَوۡهَا وَجَعَلَ كَلِمَةَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ ٱلسُّفۡلَىٰۗ وَكَلِمَةُ ٱللَّهِ هِيَ ٱلۡعُلۡيَاۗ وَٱللَّهُ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ٤٠

40. Ngendanyi z'Intumwa! Nimutasidukana n'iyonka mukaja gutabara Intumwa, ni ukuri Imana Allah Yaramaze kuyitera intege no kuyitabara umusi abagarariji bayisohora mu gisagara ca Makka, iri kumwe n'uwugira kabiri[2], igihe bahungira mw'isenga ry'ibuye riri i Makka ku musozi "Thauri", bakahamara amajoro atatu, igihe Intumwa yabwira uwuri kumwe na yo imuhumuriza iti: "Ntiwicwe n'intuntu kuko Imana Allah Iri kumwe na twe, Iradukingira". Ni ho rero Imana Allah Yatururuza Intumwa yayo, Iranayiteza intege ingabo z'abamalayika mutashobora kubona n'amaso, Iranasuzuguza ijambo ry'abagarariji, riratsindwa. Burya, ijambo ry'Imana Allah rirakwiye kwubahwa hakaganza ubwislamu. Burya Imana Allah, ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora[3].

ٱنفِرُواْ خِفَافٗا وَثِقَالٗا وَجَٰهِدُواْ بِأَمۡوَٰلِكُمۡ وَأَنفُسِكُمۡ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِۚ ذَٰلِكُمۡ خَيۡرٞ لَّكُمۡ إِن كُنتُمۡ تَعۡلَمُونَ ٤١

41. Bemeramana! Murasidukana n'iyonka rero, abasore ku batama, mu gihe c'amahirwe n'amagorwa, muheze muharanire idini ry'Imana Allah mu gutanga amatungo yanyu no mu kwitanga mwebwe nyene ubwanyu; ivyo ni vyo vyiza kuri mwebwe. Nimwaba rero mutahura ivyiza biri ku Mana Allah nimuyumvire, mwumvire n'Intumwa yayo.

[1] Abarabu b'aho hambere, ntibihanganira kumara amezi ane batihoranye ngo batere indwano; bashatse rero gutera indwano mu kwezi kuziramwo indwano, baca bahindura izina rya nya kwezi gutagatifu muri uwo mwaka, bakakwita izina ry'ukundi kwezi kurekuwemwo indwano, bakazosubiza ku rutonde nya kwezi gutagatifu mu wundi mwaka.

[2] Ari we Abu Bakari Al-Swiddiiq (Imana Allah Imwishimire).

[3] Iyi Aayah, irerekana icubahiro gihambaye ca Abu Bakari Al-Swiddiiq (Imana Allah Imwishimire).

لَوْ كَانَ عَرَضًا قَرِيبًا وَسَفَرًا قَاصِدًا لَّٱتَّبَعُوكَ وَلَٰكِنۢ بَعُدَتْ عَلَيْهِمُ ٱلشُّقَّةُ ۚ وَسَيَحْلِفُونَ بِٱللَّهِ لَوِ ٱسْتَطَعْنَا لَخَرَجْنَا مَعَكُمْ يُهْلِكُونَ أَنفُسَهُمْ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ إِنَّهُمْ لَكَٰذِبُونَ ﴿٤٢﴾

42. Ntumwa y'Imana! Indyarya iyo zisabwa kuja kwegeranya iminyago hatarinze kuba indwano no gufata urugendo rutaruhisha, zari kugukurikira[1]. Ariko icatumye zisiba ku rugamba rwa "Tabuuki" rwo kurwanya Abaromani, ni uko urugamba rwabaye mu gihe c'ici. Zizoheza rero zitange ivyireguzo ku gusiba kuri nya rugamba, zirahire zirengwe kw'Izina ry'Imana Allah ko iyo zishobora kuza, zari kujana na mwe ku rugamba, gutyo zihonye zo nyene kuri ico kinyoma n'uburyarya, kandi Imana Allah Izi neza ko mu vy'ukuri zibesha mu vyireguzo vyazo.

عَفَا ٱللَّهُ عَنكَ لِمَ أَذِنتَ لَهُمْ حَتَّىٰ يَتَبَيَّنَ لَكَ ٱلَّذِينَ صَدَقُوا۟ وَتَعْلَمَ ٱلْكَٰذِبِينَ ﴿٤٣﴾

43. Ntumwa y'Imana! Urakababarirwa n'Imana Allah ku kureka gukora icari gikenewe kurusha. Ni ku mvo nyabaki warekuriye indyarya gusiba ku rugamba, utabanje gutohoza ko muri zo harimwo izatanze ivyireguzo vy'ukuri ngo umenye n'izabeshe!

لَا يَسْتَـْٔذِنُكَ ٱلَّذِينَ يُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ أَن يُجَٰهِدُوا۟ بِأَمْوَٰلِهِمْ وَأَنفُسِهِمْ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌۢ بِٱلْمُتَّقِينَ ﴿٤٤﴾

44. Ntumwa y'Imana! Ntibisanzwe ku bemera Imana Allah n'Intumwa yayo hamwe n'umusi w'iherezo, ko bagusaba uburenganzira bwo kudaharanira idini ry'Imana Allah mu gutanga amatungo yabo no mu kwitanga bo nyene ubwabo; burya Imana Allah, Irazi neza abayigamburukira mu kwubahiriza amabwirizwa yayo.

إِنَّمَا يَسْتَـْٔذِنُكَ ٱلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ وَٱرْتَابَتْ قُلُوبُهُمْ فَهُمْ فِى رَيْبِهِمْ يَتَرَدَّدُونَ ﴿٤٥﴾

45. Muvugishwamana! Abagusaba uburenganzira bwo kudaharanira idini ry'Imana Allah, ni abatemera Imana Allah n'Intumwa yayo hamwe n'umusi w'iherezo, batanarangwa namba n'ugukora iciza, imishaha yabo yuzuye amakenga ku bwislamu n'amabwirizwa yabwo. Bari mu makenga bajuragikira batazi ico bafata n'ico bareka hagati y'ukwemera n'uburyarya;

۞ وَلَوْ أَرَادُوا۟ ٱلْخُرُوجَ لَأَعَدُّوا۟ لَهُۥ عُدَّةً وَلَٰكِن كَرِهَ ٱللَّهُ ٱنۢبِعَاثَهُمْ فَثَبَّطَهُمْ وَقِيلَ ٱقْعُدُوا۟ مَعَ ٱلْقَٰعِدِينَ ﴿٤٦﴾

46. Muvugishwamana! Iyo indyarya zishaka kujana na we ku rugamba, zari kurwitegurira bikwiye mu gutegekanya impamba n'igitwazi, ariko Imana Allah mu vyagezwe ntiyashimye ko mujana, Iraheza Iraziremereza zibwirwa ziti: "Nimusibe ku rugamba, mugume mu zanyu hamwe n'abarekuriwe kuzigumamwo[2]".

لَوْ خَرَجُوا۟ فِيكُم مَّا زَادُوكُمْ إِلَّا خَبَالًا وَلَأَوْضَعُوا۟ خِلَٰلَكُمْ يَبْغُونَكُمُ ٱلْفِتْنَةَ ۖ وَفِيكُمْ سَمَّٰعُونَ لَهُمْ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌۢ بِٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٤٧﴾

47. Bemeramana! Iyo indyarya zijana na mwe ku rugamba, nta co zari kubamarira atari ugukwiragiza ubwononyi n'ibihuha bibaca inkokora; zari no kubacanishamwo zirondera ko musiba ku rugamba; zari no kuronka muri mwebwe ababagendereza bakaziha

[1] Muri iyi Aayah, Imana Allah Iranebagura ingendo y'indyarya zasavye Intumwa uruhusha rwo gusiba ku rugamba rwabereye ahitwa "Tabuuki".

[3] Abarekuriwe kutaja ku rugamba, bakaba boguma muhira, ni abageze mu zabukuru, abarwaye, abakenyezi n'abana.

inkuru zanyu. Burya Imana Allah, Irazi neza abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa yayo, Izoheza Ibahane.

48. Ni ukuri, indyarya zarashatse kugerageza abemeramana mu kwemera no mu kubaburagiza kuja ku rugamba rwa “Tabuuki” imbere yuko ruba. Ntumwa y’Imana! Zaranaguhindutse akatari gake kugira ngo uneshwe[1], kugeza n’aho intsinzi iturutse ku Mana Allah ishika, maze idini ry’Imana Allah riratsinda. Ziranababazwa n’iyo ntsinzi;

لَقَدِ ٱبۡتَغَوُاْ ٱلۡفِتۡنَةَ مِن قَبۡلُ وَقَلَّبُواْ لَكَ ٱلۡأُمُورَ حَتَّىٰ جَآءَ ٱلۡحَقُّ وَظَهَرَ أَمۡرُ ٱللَّهِ وَهُمۡ كَٰرِهُونَ ٤٨

49. Muri izo ndyarya rero, harimwo uwugusaba uburenganzira bwo kutaja ku rugamba, maze akavuga ati: “Ntungerageze ku vyo ntokwihanganira mu guhura n’abakenyezi mu nzira!”. Bantu mwumve mwumvireho! Indyarya zaramaze kugwa mw’igeragezwa rihambaye ry’uburyarya. Mu vy’ukuri, umuriro wa Jahannamu urakikuje abagarariji, nta wuzocaruka;

وَمِنۡهُم مَّن يَقُولُ ٱئۡذَن لِّي وَلَا تَفۡتِنِّيٓۚ أَلَا فِي ٱلۡفِتۡنَةِ سَقَطُواْۗ وَإِنَّ جَهَنَّمَ لَمُحِيطَةُۢ بِٱلۡكَٰفِرِينَ ٤٩

50. Muvugishwamana! Ushikiwe n’iciza[2] kirazituntuza. Ushikiwe n’ikibi naho[3] zica zivuga ziti: “Ntuze! Twebwe turi abanyabwenge, twabimenye kare turikingira mu kutajana na Muhamadi”, maze zigahindukira zinezerejwe n’ivyagushikiye.

إِن تُصِبۡكَ حَسَنَةٞ تَسُؤۡهُمۡۖ وَإِن تُصِبۡكَ مُصِيبَةٞ يَقُولُواْ قَدۡ أَخَذۡنَآ أَمۡرَنَا مِن قَبۡلُ وَيَتَوَلَّواْ وَّهُمۡ فَرِحُونَ ٥٠

51. Muvugishwamana! Bwira izo ndyarya uzihaniza uti: “Nta kizodushikira kiretse ico twandikiwe n’Imana Allah mu vyagezwe ko kidushikira, ni Yo Nkinzoyabatoni Ikaba n’Umutabazi wacu”. Abemeramana rero nibishimikize Imana Allah bayizere.

قُل لَّن يُصِيبَنَآ إِلَّا مَا كَتَبَ ٱللَّهُ لَنَا هُوَ مَوۡلَىٰنَاۚ وَعَلَى ٱللَّهِ فَلۡيَتَوَكَّلِ ٱلۡمُؤۡمِنُونَ ٥١

52. Muvugishwamana! Bwira izo ndyarya uti: “Mbega ni igiki murindiriye ko kidushikira kiretse kimwe mu vyiza bibiri; ugupfira Imana Allah canke kuronka intsinzi ku rugamba, mu gihe twebwe turindiriye ko mushikirwa n’ibihano vy’Imana Allah bikabahonya canke tukabicira ku rugamba! Nimurindire rero, na twe mu vy’ukuri turarindiranye hamwe na mwe ico Imana Allah Igiye gukora”.

قُلۡ هَلۡ تَرَبَّصُونَ بِنَآ إِلَّآ إِحۡدَى ٱلۡحُسۡنَيَيۡنِۖ وَنَحۡنُ نَتَرَبَّصُ بِكُمۡ أَن يُصِيبَكُمُ ٱللَّهُ بِعَذَابٖ مِّنۡ عِندِهِۦٓ أَوۡ بِأَيۡدِينَاۖ فَتَرَبَّصُوٓاْ إِنَّا مَعَكُم مُّتَرَبِّصُونَ ٥٢

53. Muvugishwamana! Bwira izo ndyarya uti: “Nimutange mu matungo yanyu ivyo mushatse, uko mushatse kwose; ku bushake bwanyu canke ku gitsure, Imana Allah ntizogenda Yakiriye ivyo mwatanze, kuko mu vy’ukuri mwebwe muri abantu b’ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo”;

قُلۡ أَنفِقُواْ طَوۡعًا أَوۡ كَرۡهٗا لَّن يُتَقَبَّلَ مِنكُمۡۖ إِنَّكُمۡ كُنتُمۡ قَوۡمٗا فَٰسِقِينَ ٥٣

[1] Nk’uko vyagenze ku rugamba rwa Uhudi no ku rugamba rwa Khandaqi.
[2] Nko kunezerwa canke kuronka iminyago.
[3] Nk’amagorwa canke kuneshwa ku rugamba.

54. Nta gituma indyarya zitakirirwa ivyo zatanze, kiretse ko zihisha mu mishaha ubugarariji; ntizija no gusenga, kiretse ko zigenda zinebwa; ntizinatanga mu matungo yazo, kiretse ko zitanga ku gitsure[1].

وَمَا مَنَعَهُمْ أَن تُقْبَلَ مِنْهُمْ نَفَقَٰتُهُمْ إِلَّآ أَنَّهُمْ كَفَرُوا۟ بِٱللَّهِ وَبِرَسُولِهِۦ وَلَا يَأْتُونَ ٱلصَّلَوٰةَ إِلَّا وَهُمْ كُسَالَىٰ وَلَا يُنفِقُونَ إِلَّا وَهُمْ كَٰرِهُونَ ﴿٥٤﴾

55. Muvugishwamana! Kubera ivyo rero, ntugatangazwe n'ubwinshi bw'amatungo n'abana vy'izo ndyarya, ni ukuri Imana Allah Ishaka ko Izigeragereza ku vyo Yazihaye mu buzima bwo kw'isi, gutyo zizosezere isi zikigarariza.

فَلَا تُعْجِبْكَ أَمْوَٰلُهُمْ وَلَآ أَوْلَٰدُهُمْ ۚ إِنَّمَا يُرِيدُ ٱللَّهُ لِيُعَذِّبَهُم بِهَا فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا وَتَزْهَقَ أَنفُسُهُمْ وَهُمْ كَٰفِرُونَ ﴿٥٥﴾

56. Ziranarahira zikarengwa kw'Izina ry'Imana Allah, zibesha ko mu vy'ukuri ziri kumwe na mwe, kandi zitari muri mwebwe. Ariko rero indyarya ni abantu, iyo batinye barahira ku kwiyorobeka.

وَيَحْلِفُونَ بِٱللَّهِ إِنَّهُمْ لَمِنكُمْ وَمَا هُم مِّنكُمْ وَلَٰكِنَّهُمْ قَوْمٌ يَفْرَقُونَ ﴿٥٦﴾

57. Ziramutse zironse ubuhungiro canke inzitiro ntamenwa zohungiramwo, isenga ry'ibuye canke umwobo zonyegeramwo, zogenda nk'umuravyo zikabahunga.

لَوْ يَجِدُونَ مَلْجَـًٔا أَوْ مَغَٰرَٰتٍ أَوْ مُدَّخَلًا لَّوَلَّوْا۟ إِلَيْهِ وَهُمْ يَجْمَحُونَ ﴿٥٧﴾

58. Ntumwa y'Imana! Muri zo, harimwo abakunebagura ukuntu ugabura imperezwa; iyo ziyihaweko, zirashima zigaceceka; iyo naho zitayihaweko na gato, zirashavura zikakugirira umwikomo.

وَمِنْهُم مَّن يَلْمِزُكَ فِى ٱلصَّدَقَٰتِ فَإِنْ أُعْطُوا۟ مِنْهَا رَضُوا۟ وَإِن لَّمْ يُعْطَوْا۟ مِنْهَآ إِذَا هُمْ يَسْخَطُونَ ﴿٥٨﴾

59. Iyo zishima ivyo zihawe n'Imana Allah n'Intumwa yayo, zigaheza zikavuga ziti: "Iyikwiye kuduhagararira, ni Imana Allah, Izoheza Iduhe mu mpano zayo, Intumwa yayo na yo nyene izoduha mu vyo yahawe n'Imana Allah, mu vy'ukuri twebwe twipfuza ko Imana Allah Yodukenura", vyari kuba vyiza cane kuri zo.

وَلَوْ أَنَّهُمْ رَضُوا۟ مَآ ءَاتَىٰهُمُ ٱللَّهُ وَرَسُولُهُۥ وَقَالُوا۟ حَسْبُنَا ٱللَّهُ سَيُؤْتِينَا ٱللَّهُ مِن فَضْلِهِۦ وَرَسُولُهُۥٓ إِنَّآ إِلَى ٱللَّهِ رَٰغِبُونَ ﴿٥٩﴾

60. Mu vy'ukuri, ishikanwa-bwirizwa ryagenewe guhabwa aboro[2], abakene[3], abaryegeranya, abakundishwa ubwislamu[4], kubohoza abagurano, kurihira abananiwe kwishura ingurane[5], guharanira idini ry'Imana Allah, hamwe no gufasha uwuri ku rugendo yakehaniwe n'uburyo. Igaburwa ry'iryo shikanwa-bwirizwa ryagenwe n'Imana Allah. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi ibitunganye ku baja bayo, Intungane mu vyo Ikora.

۞ إِنَّمَا ٱلصَّدَقَٰتُ لِلْفُقَرَآءِ وَٱلْمَسَٰكِينِ وَٱلْعَٰمِلِينَ عَلَيْهَا وَٱلْمُؤَلَّفَةِ قُلُوبُهُمْ وَفِى ٱلرِّقَابِ وَٱلْغَٰرِمِينَ وَفِى سَبِيلِ ٱللَّهِ وَٱبْنِ ٱلسَّبِيلِ ۖ فَرِيضَةً مِّنَ ٱللَّهِ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٌ ﴿٦٠﴾

---

[1] Indyarya ntizizigiye indishi ku vyo zikora, ntizinatinya guhanirwa ivyo ziretse gukora; ivyo bigaturuka ku kwiyorobeka mu kugaragaza ukwemera no mu guhisha ubugarariji.
[2] Ni abatagira shinge na rugero.
[3] Ni abatagira ibibabeshaho bikwiye.
[4] Mu bagarariji biboneka ko bashobora kwinjira ubwislamu, canke bakagira ico bamariye abislamu, canke bakaba ari abislamu bafise ukwemera kugoyagoya, bahabwe kugira batsimbatazwe ku kwemera.
[5] Mu gihe nya ngurane itakoreshejwe mu biciye kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah, canke ngo ikoreshwe mu gusesagura.

61. Mu ndyarya kandi, harimwo ababangamira Intumwa y'Imana mu majambo bakanavuga ko yumviriza ico ari co cose ibwiwe ikacemera ukwo. Muvugishwamana! Zibwire uti: "Muhamadi ni ugutwi kwumviriza iciza iyo kizanana hose ku neza yanyu; yemera Imana Allah, akemera n'ukuri gushikirijwe n'abemeramana, akaba n'impuhwe ku bemeramana bamukurikiye muri mwebwe". Burya, ababangamira Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu buryo ubwo ari bwo bwose, barategekanirijwe ibihano bibabaza cane.

وَمِنْهُمُ ٱلَّذِينَ يُؤْذُونَ ٱلنَّبِيَّ وَيَقُولُونَ هُوَ أُذُنٌۚ قُلْ أُذُنُ خَيْرٍ لَّكُمْ يُؤْمِنُ بِٱللَّهِ وَيُؤْمِنُ لِلْمُؤْمِنِينَ وَرَحْمَةٌ لِّلَّذِينَ ءَامَنُواْ مِنكُمْۚ وَٱلَّذِينَ يُؤْذُونَ رَسُولَ ٱللَّهِ لَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٦١﴾

62. Zirabarahirira kw'Izina ry'Imana Allah indahiro z'ikinyoma kugira zibashimishe, Imana Allah n'Intumwa yayo, ni bo zategerezwa gushimisha mu kubemera no kubumvira nizaba ari abemeramana vy'ukuri.

يَحْلِفُونَ بِٱللَّهِ لَكُمْ لِيُرْضُوكُمْ وَٱللَّهُ وَرَسُولُهُۥٓ أَحَقُّ أَن يُرْضُوهُ إِن كَانُواْ مُؤْمِنِينَ ﴿٦٢﴾

63. Mbega ntiziramenya ko uwo wese arwanya Imana Allah n'Intumwa yayo, yagenewe ibihano vyo mu muriro wa Jahannamu, azowubamwo ibihe bidahera! Iryo rero, ni ryo herezo ry'agasuzuguro gahebuje[1].

أَلَمْ يَعْلَمُوٓاْ أَنَّهُۥ مَن يُحَادِدِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ فَأَنَّ لَهُۥ نَارَ جَهَنَّمَ خَٰلِدًا فِيهَاۚ ذَٰلِكَ ٱلْخِزْيُ ٱلْعَظِيمُ ﴿٦٣﴾

64. Indyarya ziriyorobeka, zigatinya ko hohishurwa igisomwa kigaragaza ubugarariji zihishije mu mishaha yazo. Muvugishwamana! Zibwire uti: "Nimubandanye gutebura ku mabwirizwa y'Imana Allah; mu vy'ukuri, Imana Allah Izogaragaza ukuri ku vyo mwiyorobekamwo".

يَحْذَرُ ٱلْمُنَٰفِقُونَ أَن تُنَزَّلَ عَلَيْهِمْ سُورَةٌ تُنَبِّئُهُم بِمَا فِى قُلُوبِهِمْۚ قُلِ ٱسْتَهْزِءُوٓاْ إِنَّ ٱللَّهَ مُخْرِجٌ مَّا تَحْذَرُونَ ﴿٦٤﴾

65. Muvugishwamana! Uramutse ubajije izo ndyarya ku gituma zikunebagura wewe hamwe n'ingendanyi zawe, zizokwishura ziti: "Ni ukuri tuba turiko turiganirira, dutebura gusa bitavuye ku mutima!". Zibwire uti: "Mbega none, ni ku Mana Allah no kuri Aayah n'Intumwa vyayo muba muriko murateburako!".

وَلَئِن سَأَلْتَهُمْ لَيَقُولُنَّ إِنَّمَا كُنَّا نَخُوضُ وَنَلْعَبُۚ قُلْ أَبِٱللَّهِ وَءَايَٰتِهِۦ وَرَسُولِهِۦ كُنتُمْ تَسْتَهْزِءُونَ ﴿٦٥﴾

66. Mwa ndyarya mwe! Ntimwiregure namba! Ni ukuri mwaramaze kugarariza kubera iryo tebura mwagize inyuma y'ukwemera. Twebwe Allah, Turamutse Tubabariye umugwi wigaye muri mwebwe, nta kibuza ko Twohanira uwundi mugwi ubugaba bw'itebura ryawo.

لَا تَعْتَذِرُواْ قَدْ كَفَرْتُم بَعْدَ إِيمَٰنِكُمْۚ إِن نَّعْفُ عَن طَآئِفَةٍ مِّنكُمْ نُعَذِّبْ طَآئِفَةًۢ بِأَنَّهُمْ كَانُواْ مُجْرِمِينَ ﴿٦٦﴾

67. Indyarya n'indyaryakazi, zose zipfuye rumwe. Zose zirangwa no kwiyorobeka, zigaragaza ukwemera zigahisha ubugarariji, zibwiriza abandi ukugarariza Imana Allah no kugabitaniriza Intumwa yayo, zikababuza ukwemera Imana Allah no kwumvira Intumwa yayo, zikaba ata n'ico zikura ngo zitange. Zaribagiye Imana Allah, ntizaba zikiyibuka namba, gutyo na Yo Iraziyibagiza, Izikura mu mpuhwe zayo, ntiyanazishoboza gukora iciza.

ٱلْمُنَٰفِقُونَ وَٱلْمُنَٰفِقَٰتُ بَعْضُهُم مِّنۢ بَعْضٍۘ يَأْمُرُونَ بِٱلْمُنكَرِ وَيَنْهَوْنَ عَنِ ٱلْمَعْرُوفِ وَيَقْبِضُونَ أَيْدِيَهُمْۚ نَسُواْ ٱللَّهَ فَنَسِيَهُمْۚ إِنَّ ٱلْمُنَٰفِقِينَ هُمُ ٱلْفَٰسِقُونَ ﴿٦٧﴾

[1] Ukubangamira Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu kuyicokora no kuyinebagura, ni ukurwanya Imana Allah n'Intumwa yayo.

Mu vy'ukuri indyarya, ni zo bigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

وَعَدَ ٱللَّهُ ٱلْمُنَٰفِقِينَ وَٱلْمُنَٰفِقَٰتِ وَٱلْكُفَّارَ نَارَ جَهَنَّمَ خَٰلِدِينَ فِيهَاۚ هِىَ حَسْبُهُمْۚ وَلَعَنَهُمُ ٱللَّهُۖ وَلَهُمْ عَذَابٌ مُّقِيمٌ ﴿٦٨﴾

68. Imana Allah Yarasezeraniye indyarya n'indyaryakazi hamwe n'abagarariji, ko amaherezo yabo bose ari mu muriro wa Jahannamu, bazowubamwo ibihe bidahera. Ni wo bakwiye nta kindi, kanatsinda n'Imana Allah Yarabavumye. Baranategekanirijwe n'ibihano vyamaho.

كَٱلَّذِينَ مِن قَبْلِكُمْ كَانُوٓاْ أَشَدَّ مِنكُمْ قُوَّةً وَأَكْثَرَ أَمْوَٰلًا وَأَوْلَٰدًا فَٱسْتَمْتَعُواْ بِخَلَٰقِهِمْ فَٱسْتَمْتَعْتُم بِخَلَٰقِكُمْ كَمَا ٱسْتَمْتَعَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِكُم بِخَلَٰقِهِمْ وَخُضْتُمْ كَٱلَّذِى خَاضُوٓاْۚ أُوْلَٰٓئِكَ حَبِطَتْ أَعْمَٰلُهُمْ فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِۖ وَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْخَٰسِرُونَ ﴿٦٩﴾

69. Mwa ndyarya mwe! Inyifato zanyu, ni nk'iz'abantu b'aho hambere yanyu, bari bafise inguvu nyinshi kubasumba, bari banafise amatungo n'uruvyaro kubarusha, baraheza bahurumbira ivy'isi, bararyoherwa bararengwa n'ibihendamaso vyayo. Na mwe nyene rero mwarahurumbiye ivy'isi, muraheza muraryoherwa murarengwa n'ibihendamaso vyayo, nk'uko ab'aho hambere yanyu baryohewe bakarengwa n'ibihendamaso vy'isi, mutako mubeshera Imana Allah nk'uko bayibesheye. Abo barangwa n'izo nyifato, ni bo rero ibikorwa vyabo vyabaye impfagusa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni na bo rero bazoba mu bahomvye ubuzima bwabo.

أَلَمْ يَأْتِهِمْ نَبَؤُاْ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ قَوْمِ نُوحٍ وَعَادٍ وَثَمُودَ وَقَوْمِ إِبْرَٰهِيمَ وَأَصْحَٰبِ مَدْيَنَ وَٱلْمُؤْتَفِكَٰتِۚ أَتَتْهُمْ رُسُلُهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِۖ فَمَا كَانَ ٱللَّهُ لِيَظْلِمَهُمْ وَلَٰكِن كَانُوٓاْ أَنفُسَهُمْ يَظْلِمُونَ ﴿٧٠﴾

70. Mbega izo ndyarya ntizirashikirwa n'inkuru z'ab'aho hambere yazo mu bantu ba Nuhu, Bene Aadi, Bene Thamuudi, abantu ba Ibrahimu, abantu bo muri Madiyani, hamwe rero n'abantu ba Luutwi bafuririwe mu gacimbiri kabo, Intumwa barungikiwe zarashikirije Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, baca barabigarariza, Imana Allah Ica Irabahanira ivyaha bakoze! Kira noneho, Imana Allah ntiyari kubarenganya namba ngo Ibahanire ubusa, ariko ni bo birenganije mu guca kubiri n'amabwirizwa yayo.

وَٱلْمُؤْمِنُونَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتُ بَعْضُهُمْ أَوْلِيَآءُ بَعْضٍۚ يَأْمُرُونَ بِٱلْمَعْرُوفِ وَيَنْهَوْنَ عَنِ ٱلْمُنكَرِ وَيُقِيمُونَ ٱلصَّلَوٰةَ وَيُؤْتُونَ ٱلزَّكَوٰةَ وَيُطِيعُونَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥٓۚ أُوْلَٰٓئِكَ سَيَرْحَمُهُمُ ٱللَّهُۗ إِنَّ ٱللَّهَ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ﴿٧١﴾

71. Abemeramana n'abemeramanakazi baratabarana. Babwiriza abantu kwemera Imana Allah no gukora ivyiza, bakanababuza kugarariza Imana Allah, bagatsimbataza n'amasengesho, bagatanga n'ishikanwa-bwirizwa, bakumvira Imana Allah n'Intumwa yayo. Abo ni bo rero, Imana Allah Izogirira impuhwe, Ibashire no mu Bwami bw'ijuru. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenintsinzi, Intungane mu vyo Ikora.

وَعَدَ ٱللَّهُ ٱلْمُؤْمِنِينَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتِ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا وَمَسَٰكِنَ طَيِّبَةً فِى جَنَّٰتِ عَدْنٍۚ وَرِضْوَٰنٌ مِّنَ ٱللَّهِ أَكْبَرُۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلْفَوْزُ ٱلْعَظِيمُ ﴿٧٢﴾

72. Imana Allah Yasezeraniye abemeramana n'abemeramanakazi kubaha imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bayibemwo ibihe bidahera; Yabategekanirije n'amacumbi ateye igomwe mu bwami bw'ijuru bwa "Adeni". Ukwishimirwa n'Imana Allah rero, ni kwo guhambaye kuruta inema bazoba barimwo. Iyo ni yo ntsinzi rero ihambaye.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِيُّ جَٰهِدِ ٱلْكُفَّارَ وَٱلْمُنَٰفِقِينَ وَٱغْلُظْ عَلَيْهِمْ ۚ وَمَأْوَىٰهُمْ جَهَنَّمُ ۖ وَبِئْسَ ٱلْمَصِيرُ ﴿٧٣﴾

73. Ewe Muvugishwamana! Rwanya abagarariji n'iminwe, wongere urwanye n'indyarya ukoresheje ingingo n'ivyemezo, uteko ukarire iyo migwi yompi. Ubushikiro bwabo ni mu muriro wa Jahannamu, ayo ni na yo maherezo mabi cane.

يَحْلِفُونَ بِٱللَّهِ مَا قَالُوا۟ وَلَقَدْ قَالُوا۟ كَلِمَةَ ٱلْكُفْرِ وَكَفَرُوا۟ بَعْدَ إِسْلَٰمِهِمْ وَهَمُّوا۟ بِمَا لَمْ يَنَالُوا۟ ۚ وَمَا نَقَمُوٓا۟ إِلَّآ أَنْ أَغْنَىٰهُمُ ٱللَّهُ وَرَسُولُهُۥ مِن فَضْلِهِۦ ۚ فَإِن يَتُوبُوا۟ يَكُ خَيْرًا لَّهُمْ ۖ وَإِن يَتَوَلَّوْا۟ يُعَذِّبْهُمُ ٱللَّهُ عَذَابًا أَلِيمًا فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِ ۚ وَمَا لَهُمْ فِى ٱلْأَرْضِ مِن وَلِىٍّ وَلَا نَصِيرٍ ﴿٧٤﴾

74. Indyarya zirarahira zikarengwa kw'Izina ry'Imana Allah zibesha ko zitigera zibangamira Intumwa n'abemeramana. Ziranguha! Zaravuze ijambo ry'ukugarariza ryatumye ziva mu bwislamu, zaranageraageje guhohotera Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), maze Imana Allah Irakinga ntizagira ico zishikako. Nta n'ico zinegura abemeramana, kiretse ko Imana Allah Yabahaye ingabirano n'imigisha bazaniwe n'Intumwa yayo. Abagarariji nibaramuka bisubiyeko bakagaruka ku Mana Allah bakigaya, bizoba ari vyo vyiza kuri bo; nibagenza umugongo naho bakirengagiza ukuri, Imana Allah Izobahanisha ibihano bibabaza kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Kira noneho, ntibazoronka mw'isi yose uwubakura mu bihano, eka nta n'uwubibakingira bazoronka.

وَمِنْهُم مَّنْ عَٰهَدَ ٱللَّهَ لَئِنْ ءَاتَىٰنَا مِن فَضْلِهِۦ لَنَصَّدَّقَنَّ وَلَنَكُونَنَّ مِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿٧٥﴾

75. Mu ndyarya, burya harimwo abakene biyemeza ku Mana Allah bati: "Imana Allah niyaduha mu ngabirano zayo, ni ukuri tuzotanga imperezwa, kandi ni ukuri tuzokora n'ivyiza bituma tuba mu beranda";

فَلَمَّآ ءَاتَىٰهُم مِّن فَضْلِهِۦ بَخِلُوا۟ بِهِۦ وَتَوَلَّوا۟ وَّهُم مُّعْرِضُونَ ﴿٧٦﴾

76. Imana Allah Imaze kubaha mu ngabirano zayo, baciye baba ingumyi ntibatanga namba, baraheza bagenza umugongo birengagiza ubwislamu;

فَأَعْقَبَهُمْ نِفَاقًا فِى قُلُوبِهِمْ إِلَىٰ يَوْمِ يَلْقَوْنَهُۥ بِمَآ أَخْلَفُوا۟ ٱللَّهَ مَا وَعَدُوهُ وَبِمَا كَانُوا۟ يَكْذِبُونَ ﴿٧٧﴾

77. Imana Allah Ica Ibahanisha uburyarya mu mitima yabo bwiyongereye ku bwo bari basanganwe, ntibazopfa babwikuyemwo gushika bahuye na Yo ku musi w'iharurirwa, ivyo bikazoba bitewe no guca kubiri n'ivyo biyemeje ku Mana Allah, n'ukuntu baranzwe n'ububeshi hamwe n'uburyarya.

أَلَمْ يَعْلَمُوٓا۟ أَنَّ ٱللَّهَ يَعْلَمُ سِرَّهُمْ وَنَجْوَىٰهُمْ وَأَنَّ ٱللَّهَ عَلَّٰمُ ٱلْغُيُوبِ ﴿٧٨﴾

78. Mbega none, izo ndyarya ntiziramenya ko Imana Allah Izi neza ivyo zihishije mu mishaha, hamwe n'ivyo zongorerana mu migambi mibi, n'uko Imana Allah Izi neza ibinyegejwe ibiremwa! Nta nkeka rero ko Izozihembera ivyo zakoze.

ٱلَّذِينَ يَلْمِزُونَ ٱلْمُطَّوِّعِينَ مِنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ فِى ٱلصَّدَقَٰتِ وَٱلَّذِينَ لَا يَجِدُونَ إِلَّا جُهْدَهُمْ فَيَسْخَرُونَ مِنْهُمْ سَخِرَ ٱللَّهُ مِنْهُمْ وَلَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٧٩﴾

79. N'aho rero zitigera zitanga imperezwa, ni zo zinebagura abatanga mu bemeramana ko batanga ku kwiyerekana, zikananebagura abakene batanze ibingana n'ivyo bafise, zikababwira n'agasuzuguro n'akantu ziti: "Iyi mperezwa mutanze imaze iki!". Zirakanebagurwa n'Imana Allah! Zaranategekanirijwe ibihano bibabaza.

80. Ntumwa y'Imana! Gusabira ikigongwe indyarya no kutakizisabira, vyose ni kimwe. N'aho rero woramuka uzisabiye ikigongwe incuro nyinshi, Imana Allah ntizogenda Izigiriye ikigongwe, kuko zagararije Imana Allah n'Intumwa yayo. Burya Imana Allah, ntirongora mu nzira yayo ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo.

ٱسْتَغْفِرْ لَهُمْ أَوْ لَا تَسْتَغْفِرْ لَهُمْ إِن تَسْتَغْفِرْ لَهُمْ سَبْعِينَ مَرَّةً فَلَن يَغْفِرَ ٱللَّهُ لَهُمْ ۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ كَفَرُوا۟ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ ۗ وَٱللَّهُ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلْفَٰسِقِينَ ﴿٨٠﴾

81. Abasivye ku rugamba rwa Tabuuki, bararyohewe n'ugusigara i Madina baciye kubiri n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bakaba basivye ku kwanka kujana na yo guharanira idini ry'Imana Allah mu gutanga amatungo yabo no mu kwitanga bo nyene ubwabo, baraheza babwirana hagati yabo bati: "Ntimuhirahire ngo mugende ku rugamba mu bushuhe buri aho![1]". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Umuriro wa Jahannamu nyabuna ni wo urimwo ubushuhe bw'akataraboneka", nibaba koko bazi ico ari co ubushuhe.

فَرِحَ ٱلْمُخَلَّفُونَ بِمَقْعَدِهِمْ خِلَٰفَ رَسُولِ ٱللَّهِ وَكَرِهُوٓا۟ أَن يُجَٰهِدُوا۟ بِأَمْوَٰلِهِمْ وَأَنفُسِهِمْ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ وَقَالُوا۟ لَا تَنفِرُوا۟ فِى ٱلْحَرِّ ۗ قُلْ نَارُ جَهَنَّمَ أَشَدُّ حَرًّا ۚ لَّوْ كَانُوا۟ يَفْقَهُونَ ﴿٨١﴾

82. Izo ndyarya zitagiye ku rugamba rero, nizitwenge gake mu buzima bwo kw'isi, zinitegurire no kurira kenshi mu muriro wa Jahannamu, ni yo ndishi y'ivyo zari zararondeye kw'isi.

فَلْيَضْحَكُوا۟ قَلِيلًا وَلْيَبْكُوا۟ كَثِيرًا جَزَآءًۢ بِمَا كَانُوا۟ يَكْسِبُونَ ﴿٨٢﴾

83. Ntumwa y'Imana! Imana Allah niyakugarukana amahoro uvuye ku rugamba rwa Tabuuki, ugahura n'umugwi w'izo ndyarya, maze ukagusaba ko mwojana ku rundi rugamba, urawubwira uti: "Ntimuzokwigera mujana nanje na rimwe ku rugamba, kandi ntimuzokwigera mufadikanya nanje kurwanya umwansi, mu vy'ukuri mwarashimishijwe no gusiba ubwa mbere ku rugamba; nimwiyicarire rero mugumane n'abasivye ku rugamba, batigeze bajana n'Intumwa" (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

فَإِن رَّجَعَكَ ٱللَّهُ إِلَىٰ طَآئِفَةٍ مِّنْهُمْ فَٱسْتَـْٔذَنُوكَ لِلْخُرُوجِ فَقُل لَّن تَخْرُجُوا۟ مَعِىَ أَبَدًا وَلَن تُقَٰتِلُوا۟ مَعِىَ عَدُوًّا ۖ إِنَّكُمْ رَضِيتُم بِٱلْقُعُودِ أَوَّلَ مَرَّةٍ فَٱقْعُدُوا۟ مَعَ ٱلْخَٰلِفِينَ ﴿٨٣﴾

84. Ntumwa y'Imana! Ntugahirahire ngo usengere umuntu n'umwe muri zo mu gihe apfuye; ntukagire n'uwo usabira ku mva yiwe. Mu vy'ukuri, indyarya zaragararije Imana Allah n'Intumwa yayo, gutyo zirinda zipfa ari ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah[2].

وَلَا تُصَلِّ عَلَىٰٓ أَحَدٍ مِّنْهُم مَّاتَ أَبَدًا وَلَا تَقُمْ عَلَىٰ قَبْرِهِۦٓ ۖ إِنَّهُمْ كَفَرُوا۟ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَمَاتُوا۟ وَهُمْ فَٰسِقُونَ ﴿٨٤﴾

85. Ntumwa y'Imana! Ntugatangazwe rero n'ubwinshi bw'amatungo n'abana vy'izo ndyarya, ni ukuri Imana Allah Ishaka kuzihanira mu buzima bwo kw'isi mu kwamana umwitwarariko w'ivyo Yazihaye, maze zizopfe zikigarariza.

وَلَا تُعْجِبْكَ أَمْوَٰلُهُمْ وَأَوْلَٰدُهُمْ ۚ إِنَّمَا يُرِيدُ ٱللَّهُ أَن يُعَذِّبَهُم بِهَا فِى ٱلدُّنْيَا وَتَزْهَقَ أَنفُسُهُمْ وَهُمْ كَٰفِرُونَ ﴿٨٥﴾

86. Ntumwa y'Imana! Iyo uhishuriwe igisomwa kibwiriza giti: "Nimwemere Imana Allah, munaharanire n'idini ry'Imana Allah muri kumwe n'Intumwa yayo, murondera indishi kuri Yo", abifise mu ndyarya baca bagusaba

وَإِذَآ أُنزِلَتْ سُورَةٌ أَنْ ءَامِنُوا۟ بِٱللَّهِ وَجَٰهِدُوا۟ مَعَ رَسُولِهِ ٱسْتَـْٔذَنَكَ أُو۟لُوا۟

[2] Hari ku rugamba rwa "Tabuuki" rwabaye ari mu ci, izuba rimena imbwa agahanga.
[2] Iyi ngingo ifata indyarya iyo ari yo yose mu gihe imenyekanye ko ari indyarya.

n'impungenge n'akantu ko mutojana bati: “Enda tureke twigumanire hamwe n’abarekuriwe kutaja guharanira idini![1]”.

ٱلطَّوْلِ مِنْهُمْ وَقَالُوا۟ ذَرْنَا نَكُن مَّعَ ٱلْقَٰعِدِينَ ﴿٨٦﴾

87. Indyarya zashimye kuba imburakimazi mu kugumana n’abarekuriwe kutaja guharanira idini, ku mitima yazo haratewe ikimangu c’ubugarariji, ku kubera uburyarya no kutajana n’Intumwa (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) ku rugamba, ntizinatahura namba indishi zagenewe abaharanira idini ry’Imana Allah.

رَضُوا۟ بِأَن يَكُونُوا۟ مَعَ ٱلْخَوَالِفِ وَطُبِعَ عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ فَهُمْ لَا يَفْقَهُونَ ﴿٨٧﴾

88. Indyarya n’aho zitojana n’Intumwa ku rugamba, Intumwa y’Imana (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) n’abemeramana bari kumwe, barahariniye idini ry’Imana Allah mu gutanga amatungo yabo no mu kwitanga bo nyene ubwabo, abo ni bo bategekanirijwe intsinzi n’iminyago kw’isi, bakazoterwa n’iteka ryo kuja mu Bwami bw’ijuru; abo, ni na bo rero baronse intsinzi;

لَٰكِنِ ٱلرَّسُولُ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ مَعَهُۥ جَٰهَدُوا۟ بِأَمْوَٰلِهِمْ وَأَنفُسِهِمْ ۚ وَأُو۟لَٰٓئِكَ لَهُمُ ٱلْخَيْرَٰتُ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ﴿٨٨﴾

89. Imana Allah Yarabategekanirije ku musi w’izuka imirima itotahaye yo mu Bwami bw’ijuru, musi y’ibiti n’inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera. Iyo rero ni yo ntsinzi ihambaye.

أَعَدَّ ٱللَّهُ لَهُمْ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا ۚ ذَٰلِكَ ٱلْفَوْزُ ٱلْعَظِيمُ ﴿٨٩﴾

90. Bamwe mu banyagihugu bo mu micungararo y’igisagara ca Madina, baraje kwisigura ku Ntumwa y’Imana (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), basaba ko batojana na yo ku rugamba kugira ibarekurire gusiba; maze abahakanye Imana Allah n’Intumwa yayo, baraheza bigumira mu zabo ku kagagazo, ntibaja kwisigura ku Ntumwa y’Imana (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah). Abagararije rero muri bo, bazohanishwa ibihano bibabaza kw’isi no mu buzima bw’inyuma yo gupfa.

وَجَآءَ ٱلْمُعَذِّرُونَ مِنَ ٱلْأَعْرَابِ لِيُؤْذَنَ لَهُمْ وَقَعَدَ ٱلَّذِينَ كَذَبُوا۟ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ ۚ سَيُصِيبُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ مِنْهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٩٠﴾

91. Abaje kwisigura ku Ntumwa mu bafise intege nke, abakitswe n’amagara, eka n’abakene badashoboye kwitegurira kuja ku rugamba, nta caha kuri bo co gusiba ku rugamba mu gihe bokweza imitima ku bw’Imana Allah n’Intumwa yayo, bakanubahiriza amabwirizwa yayo, nta kuntu rero abagwaneza nk’abo bohanwa; burya Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

لَّيْسَ عَلَى ٱلضُّعَفَآءِ وَلَا عَلَى ٱلْمَرْضَىٰ وَلَا عَلَى ٱلَّذِينَ لَا يَجِدُونَ مَا يُنفِقُونَ حَرَجٌ إِذَا نَصَحُوا۟ لِلَّهِ وَرَسُولِهِۦ ۚ مَا عَلَى ٱلْمُحْسِنِينَ مِن سَبِيلٍ ۚ وَٱللَّهُ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٩١﴾

92. Ntumwa y’Imana! Eka nta n’icaha ku baje bakugana bashaka ko ubafasha icobashikana ku rugamba, maze ukababwira uti: “Nta bitwazi noronka vyobashikana ku rugamba!”, bagaca basubira inyuma amosozi yicunda

وَلَا عَلَى ٱلَّذِينَ إِذَا مَآ أَتَوْكَ لِتَحْمِلَهُمْ قُلْتَ لَآ أَجِدُ مَآ أَحْمِلُكُمْ عَلَيْهِ تَوَلَّوا۟ وَّأَعْيُنُهُمْ

[1] Abafise ibituma bibarekurira kutaja ku rugamba; nk’abageze mu zabukuru, abarwaye, abakenyezi n’abana.

bishwe n'agahinda n'akantu ko kutagira ico batanga n'icobashikana ku rugamba.

تَفِيضُ مِنَ ٱلدَّمۡعِ حَزَنًا أَلَّا يَجِدُواْ مَا يُنفِقُونَ ٩٢

93. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, icaha no kunebagurwa ku kutaja ku rugamba, ni ku bagusaba kurusibako kandi bishoboye batanabuze ikibashikanayo. Abo, ni indyarya zashimye kugumana n'abarekuriwe kutaja guharanira idini ry'Imana Allah, Imana Allah na Yo Ica Itera ikimangu c'uburyarya ku mitima yazo, bituma zitamenya ibihano bizirindiriye.

إِنَّمَا ٱلسَّبِيلُ عَلَى ٱلَّذِينَ يَسۡتَـٔۡذِنُونَكَ وَهُمۡ أَغۡنِيَآءُۚ رَضُواْ بِأَن يَكُونُواْ مَعَ ٱلۡخَوَالِفِ وَطَبَعَ ٱللَّهُ عَلَىٰ قُلُوبِهِمۡ فَهُمۡ لَا يَعۡلَمُونَ ٩٣

94. Bemeramana! Igihe mwagarutse muvuye ku rugamba rwa Tabuuki, abasivye kuri rwo bazobireguzako ikinyoma. Ntumwa y'Imana! Uraheza rero ubishure uti: "Ntimwirirwe muriregura, mu vy'ukuri ivyanyu Imana Allah Yamaze kubitumenyesha. N'aho mwokwiregura rero, ntiturota tubemera namba. Kubera ivyo rero, Imana Allah n'Intumwa yayo bazoraba ko mwikebuka mukigaya. Nimwatsimbatara ku buryarya naho, Imana Allah Izoheza Igaragarize abantu uburyarya bwanyu mukiri kw'isi; mumaze gupfa naho muzosubizwe ku Mana Allah Rumenyi rw'ibinyegeje n'ibiboneka, Iheze Ibahembere ivyo mwakoze";

يَعۡتَذِرُونَ إِلَيۡكُمۡ إِذَا رَجَعۡتُمۡ إِلَيۡهِمۡۚ قُل لَّا تَعۡتَذِرُواْ لَن نُّؤۡمِنَ لَكُمۡ قَدۡ نَبَّأَنَا ٱللَّهُ مِنۡ أَخۡبَارِكُمۡۚ وَسَيَرَى ٱللَّهُ عَمَلَكُمۡ وَرَسُولُهُۥ ثُمَّ تُرَدُّونَ إِلَىٰ عَٰلِمِ ٱلۡغَيۡبِ وَٱلشَّهَٰدَةِ فَيُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمۡ تَعۡمَلُونَ ٩٤

95. Nimwagaruka muvuye ku rugamba rero, bazobarahira barengwe kw'Izina ry'Imana Allah bireguza ikinyoma, kugira ntimubaharire ivomo. Nimubaharire ivomo rero mubirengagize, mu vy'ukuri barangwa n'umutima mubi. Ubushikiro bwabo, ni mu muriro wa Jahannamu, ni yo ndishi y'ivyo bari bararondeye kw'isi.

سَيَحۡلِفُونَ بِٱللَّهِ لَكُمۡ إِذَا ٱنقَلَبۡتُمۡ إِلَيۡهِمۡ لِتُعۡرِضُواْ عَنۡهُمۡۖ فَأَعۡرِضُواْ عَنۡهُمۡۖ إِنَّهُمۡ رِجۡسٞۖ وَمَأۡوَىٰهُمۡ جَهَنَّمُ جَزَآءَۢ بِمَا كَانُواْ يَكۡسِبُونَ ٩٥

96. Bemeramana! Bazobarahira barengwe kw'Izina ry'Imana Allah bireguza ikinyoma kugira mubishimire; nimwaramuka mubishimiye kuko mutazi ko barangwa n'ikinyoma, muramenya mu vy'ukuri ko Imana Allah Itishimira namba abantu b'ibigaba barenga ku mabwirizwa yayo.

يَحۡلِفُونَ لَكُمۡ لِتَرۡضَوۡاْ عَنۡهُمۡۖ فَإِن تَرۡضَوۡاْ عَنۡهُمۡ فَإِنَّ ٱللَّهَ لَا يَرۡضَىٰ عَنِ ٱلۡقَوۡمِ ٱلۡفَٰسِقِينَ ٩٦

97. Abarabu baba mu micungararo y'ibisagara, barangwa n'ubugarariji hamwe n'uburyarya bw'agahebuza gusumba ababa mu bisagara[1]; baranakwiye kutamenya imbibe z'amabwirizwa Imana Allah Yahishuriye Intumwa yayo. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi ukuntu babayeho; Intungane mu vyo Ikora.

ٱلۡأَعۡرَابُ أَشَدُّ كُفۡرٗا وَنِفَاقٗا وَأَجۡدَرُ أَلَّا يَعۡلَمُواْ حُدُودَ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ عَلَىٰ رَسُولِهِۦۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٞ ٩٧

98. Burya mu Barabu baba mu micungararo y'ibisagara, harimwo uwufata ivyo atanze mu guharanira idini ry'Imana, ko ari agahombo ata n'ico bimwungura, agaheza

وَمِنَ ٱلۡأَعۡرَابِ مَن يَتَّخِذُ مَا يُنفِقُ مَغۡرَمٗا وَيَتَرَبَّصُ بِكُمُ ٱلدَّوَآئِرَۚ عَلَيۡهِمۡ دَآئِرَةُ

[1] Ivyo biterwa n'uko barangwa kenshi n'agatimatare gaturutse ku bumenyi buke butewe no kutaronka inyigisho zikwiye.

akabatega imisi y'akaga. Kira noneho, ni bo barindiriwe n'imisi y'akaga! Burya Imana Allah, ni Nyenukwumva, Irumva ivyo bavuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo bakora n'ivyo bazirikana;

ٱلسَّوۡءِۚ وَٱللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٞ ٩٨

99. Muri abo, harimwo n'abemera Imana Imwe Rudende Allah bakanemera n'umusi w'iherezo, bakanatanga mu ntumbero yo kwiyegereza Imana Allah, no kugira ngo basabirwe n'Intumwa y'Imana. Bantu nimwumve mwumvireho! Ivyo bakora birabegereza koko ku Mana Allah. Imana Allah rero Izobinjiza ku mpuhwe zayo mu Bwami bw'ijuru. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo;

وَمِنَ ٱلۡأَعۡرَابِ مَن يُؤۡمِنُ بِٱللَّهِ وَٱلۡيَوۡمِ ٱلۡأٓخِرِ وَيَتَّخِذُ مَا يُنفِقُ قُرُبَٰتٍ عِندَ ٱللَّهِ وَصَلَوَٰتِ ٱلرَّسُولِۚ أَلَآ إِنَّهَا قُرۡبَةٞ لَّهُمۡۚ سَيُدۡخِلُهُمُ ٱللَّهُ فِي رَحۡمَتِهِۦٓۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٩٩

100. N'ababaye aba mbere mu kwemera Imana Allah n'Intumwa yayo mu bimukira n'abasangwa, hamwe n'ababakurikiye mu kwemera mu mvugo n'ingiro ku bugwaneza, barondera gushimwa n'Imana Allah, Imana Allah Yarabishimiye kw'iyumviramana ryabo, na bo nyene kandi barayishimiye ku mpembo y'ivyo bakoze, Yaranabategekanirije imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera, mu nema zamaho. Iyo rero ni yo ntsinzi ihambaye[1].

وَٱلسَّٰبِقُونَ ٱلۡأَوَّلُونَ مِنَ ٱلۡمُهَٰجِرِينَ وَٱلۡأَنصَارِ وَٱلَّذِينَ ٱتَّبَعُوهُم بِإِحۡسَٰنٖ رَّضِيَ ٱللَّهُ عَنۡهُمۡ وَرَضُواْ عَنۡهُ وَأَعَدَّ لَهُمۡ جَنَّٰتٖ تَجۡرِي تَحۡتَهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدٗاۚ ذَٰلِكَ ٱلۡفَوۡزُ ٱلۡعَظِيمُ ١٠٠

101. Ntumwa y'Imana! No mu banyagihugu baba mu micungararo y'igisagara ca Madina harimwo indyarya; no mu baba i Madina nyene, harimwo indyarya zitsimbataye ku bwononyi, zikwiyorobekako. Humura rero Twebwe Allah Turazizi, Tuzozihana incuro zibiri: Tuzozihanisha ukwicwa, ukugirwa imbohe mu ndwano hamwe no guteterezwa kw'isi; Tuzozihanisha kandi ibihano vyo mu mva, hanyuma zihabwe ibihano bihambaye mu muriro udahera.

وَمِمَّنۡ حَوۡلَكُم مِّنَ ٱلۡأَعۡرَابِ مُنَٰفِقُونَۖ وَمِنۡ أَهۡلِ ٱلۡمَدِينَةِ مَرَدُواْ عَلَى ٱلنِّفَاقِ لَا تَعۡلَمُهُمۡۖ نَحۡنُ نَعۡلَمُهُمۡۚ سَنُعَذِّبُهُم مَّرَّتَيۡنِ ثُمَّ يُرَدُّونَ إِلَىٰ عَذَابٍ عَظِيمٖ ١٠١

102. Hari n'abandi rero mu bantu baba i Madina no mu micungararo yaho, bemanze ivyaha vyabo barigaya, baraheza baranabisabira imbabazi, bavanze ivyiza[2] n'ibibi[3]. Abo rero, hari aho Imana Allah Yobakirira ukwigaya kwabo. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَءَاخَرُونَ ٱعۡتَرَفُواْ بِذُنُوبِهِمۡ خَلَطُواْ عَمَلٗا صَٰلِحٗا وَءَاخَرَ سَيِّئًا عَسَى ٱللَّهُ أَن يَتُوبَ عَلَيۡهِمۡۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ١٠٢

[1] Iyi Aayah ireza ikanashimagiza ingendanyi z'Intumwa ko zari intungane, ni na co gituma ukwubaha no kwubahiriza ingendanyi z'Intumwa, ari kimwe mu bigize ishingiro ryo kwemera.
[2] Vy'ukwigaya ivyaha no gukora ibindi vyiza.
[3] Vy'ukutajana n'Intumwa ku rugamba n'ibindi bibi bakoze.

خُذْ مِنْ أَمْوَٰلِهِمْ صَدَقَةً تُطَهِّرُهُمْ وَتُزَكِّيهِم بِهَا وَصَلِّ عَلَيْهِمْ ۖ إِنَّ صَلَوٰتَكَ سَكَنٌ لَّهُمْ ۗ وَٱللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿١٠٣﴾

103. Muvugishwamana! Mu matungo y'abasivye ku rugamba rwa Tabuuki hanyuma bakigaya, urayatorako imperezwa ibeza ivyaha vyabo; wongere ubasabire imbabazi ku Mana Allah, mu vy'ukuri igisabisho cawe kuri bo, ni impuhwe n'ituze ry'umutima. Burya Imana Allah ni Nyenukwumva, Irumva ibisabo be n'ibivugwa n'ibiremwa; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikorwa vy'ibiremwa n'ivyo bizirikana, Izohembera kimwe cose ico cakoze.

أَلَمْ يَعْلَمُوٓا۟ أَنَّ ٱللَّهَ هُوَ يَقْبَلُ ٱلتَّوْبَةَ عَنْ عِبَادِهِۦ وَيَأْخُذُ ٱلصَّدَقَٰتِ وَأَنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلتَّوَّابُ ٱلرَّحِيمُ ﴿١٠٤﴾

104. Mbega none, abasivye ku rugamba rwa Tabuuki hamwe n'abarugiyeko ntibaramenya ko Imana Allah ari Yo Yonyene Yakirira ibiremwa ukwigaya kwavyo, Ikemera imperezwa Ikanayihembera, n'uko kandi ari Yo Nyenukwumvirabigaya, Yumvira abayitakambira muri vyo, Nyenimbabazi ku batoni bayo!

وَقُلِ ٱعْمَلُوا۟ فَسَيَرَى ٱللَّهُ عَمَلَكُمْ وَرَسُولُهُۥ وَٱلْمُؤْمِنُونَ ۖ وَسَتُرَدُّونَ إِلَىٰ عَٰلِمِ ٱلْغَيْبِ وَٱلشَّهَٰدَةِ فَيُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿١٠٥﴾

105. Muvugishwamana! Bwira abasivye ku rugamba uti: "Nimukore ibitegetswe n'Imana Allah mwirinde ubugaba, Imana Allah n'Intumwa yayo hamwe n'abemeramana bazoheza babone ivyo mwakoze, maze muhinyuke, muzonasubizwa ku Mana Allah Rumenyi rw'ibinyegeje n'ibiboneka, Iheze Ibabwire ku musi w'izuka ido n'ido y'ivyo mwari mwarakoze kw'isi[1]".

وَءَاخَرُونَ مُرْجَوْنَ لِأَمْرِ ٱللَّهِ إِمَّا يُعَذِّبُهُمْ وَإِمَّا يَتُوبُ عَلَيْهِمْ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٌ ﴿١٠٦﴾

106. Bemeramana! Mu basivye ku rugamba rwa Tabuuki, harimwo n'abandi[2] bicujije ku vyo bakoze, bakirindiriye ingingo y'Imana Allah ibega; ko Yobahana canke Yobababarira. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi uwukwiye guhanwa canke kubabarirwa; Intungane mu vyo Ikora;

وَٱلَّذِينَ ٱتَّخَذُوا۟ مَسْجِدًا ضِرَارًا وَكُفْرًا وَتَفْرِيقًۢا بَيْنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ وَإِرْصَادًا لِّمَنْ حَارَبَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ مِن قَبْلُ ۚ وَلَيَحْلِفُنَّ إِنْ أَرَدْنَآ إِلَّا ٱلْحُسْنَىٰ ۖ وَٱللَّهُ يَشْهَدُ إِنَّهُمْ لَكَٰذِبُونَ ﴿١٠٧﴾

107. N'indyarya zakanagaye zikubaka umusigiti mu ntumbero yo kuburabuza abemeramana, kugarariza Imana Allah hamwe no gucanishamwo abemeramana; ngo habe ababeba gusengera mu musigiti wa Qubaa bahora basengeramwo, mu kurindira uwitwa Abu Aamir Al-Raahib yatanguye kurwanya Imana Allah n'Intumwa yayo, kugira agire nya musigiti ihuriro ryo kuburabuza abemeramana. Izo ndyarya rero, zizorahira kw'Izina ry'Imana Allah zirengwe, ziti: "Ni ukuri, ntitwigeze twubaka uwo musigiti kiretse ku bugwaneza, mu ntumbero yo kworohereza abashaka gusengera hafi, badashoboye kuja mu musigiti wa Qubaa[3]". Burya Imana Allah, ni Icabona ko mu vy'ukuri zibesha mu vyo zirahirira;

[1] Iyi Aayah, harimwo agahigihigi kuri uwo wese adahesha mu bugaba n'ubwononyi.
[2] Abo na bo bakaba ari: MURARA mwene Al-Rabii'i, KA'B mwene Maalik na Hilaali mwene Umayya.
[3] Uwo musigiti wubatswe n'indyarya wahavuye usenyurwa uranaturirwa.

لَا تَقُمۡ فِيهِ أَبَدٗاۚ لَّمَسۡجِدٌ أُسِّسَ عَلَى ٱلتَّقۡوَىٰ مِنۡ أَوَّلِ يَوۡمٍ أَحَقُّ أَن تَقُومَ فِيهِۚ فِيهِ رِجَالٞ يُحِبُّونَ أَن يَتَطَهَّرُواْۚ وَٱللَّهُ يُحِبُّ ٱلۡمُطَّهِّرِينَ ١٠٨

108. Muvugishwamana! Ntuzokwigere usengera na rimwe muri uwo musigiti. Ni ukuri umusigiti wa Qubaa wubatswe mu ntumbero y'igamburukiramana[1] kuva umusi wubakwa, ni wo nyabuna ukwiye gusengeramwo. Uwo musigiti, urimwo abantu bakunda kwisukura no kweza umutima. Burya Imana Allah, Irakunda abisukura bakeza umutima.

أَفَمَنۡ أَسَّسَ بُنۡيَٰنَهُۥ عَلَىٰ تَقۡوَىٰ مِنَ ٱللَّهِ وَرِضۡوَٰنٍ خَيۡرٌ أَم مَّنۡ أَسَّسَ بُنۡيَٰنَهُۥ عَلَىٰ شَفَا جُرُفٍ هَارٖ فَٱنۡهَارَ بِهِۦ فِي نَارِ جَهَنَّمَۗ وَٱللَّهُ لَا يَهۡدِي ٱلۡقَوۡمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ١٠٩

109. Uwubatse inyubakwa yiwe ku mushinge w'igamburukiramana, arondera gushimwa n'Imana Allah, ntashobora kunganya ubutore n'uwubaka inyubakwa yiwe ku manga iri mugusenyuka, maze akahubaka umusigiti mu ntumbero yo kugarariza, kuburabuza abemeramana no kubacamwo imigwi, nya nyubakwa rero igaheza ikamukororera mu muriro wa Jahannamu. Burya Imana Allah, ntirongora mu nzira yayo abantu birenganya mu kurenga ku mabwirizwa yayo.

لَا يَزَالُ بُنۡيَٰنُهُمُ ٱلَّذِي بَنَوۡاْ رِيبَةٗ فِي قُلُوبِهِمۡ إِلَّآ أَن تَقَطَّعَ قُلُوبُهُمۡۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٌ ١١٠

110. Ihangiro ry'inyubakwa yubatswe n'indyarya ku kubangamira umusigiti wa Qubaa, ryagumye ribonekera mu makenga n'uburyarya bitsimbataye mu mitima yazo gushika zipfe canke zicwe, canke zigaye koko ku Mana Allah. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi amakenga yuzuye imitima yazo n'ihangiro ryazo mu kwubaka nya musigiti; Intungane mu vyo Ikora.

إِنَّ ٱللَّهَ ٱشۡتَرَىٰ مِنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ أَنفُسَهُمۡ وَأَمۡوَٰلَهُم بِأَنَّ لَهُمُ ٱلۡجَنَّةَۚ يُقَٰتِلُونَ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ فَيَقۡتُلُونَ وَيُقۡتَلُونَۖ وَعۡدًا عَلَيۡهِ حَقّٗا فِي ٱلتَّوۡرَىٰةِ وَٱلۡإِنجِيلِ وَٱلۡقُرۡءَانِۚ وَمَنۡ أَوۡفَىٰ بِعَهۡدِهِۦ مِنَ ٱللَّهِۚ فَٱسۡتَبۡشِرُواْ بِبَيۡعِكُمُ ٱلَّذِي بَايَعۡتُم بِهِۦۚ وَذَٰلِكَ هُوَ ٱلۡفَوۡزُ ٱلۡعَظِيمُ ١١١

111. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yaramaze kuguza ubuzima n'amatungo vy'abemeramana, Ubwami bw'ijuru; kuko baharanira idini ry'Imana Allah mu gutanga ivyabo no mu kwitanga bo nyene ubwabo kugira idini ryayo riganze, maze bakica canke bakicwa. Iryo ni ryo sezerano ry'ukuri riri muri Tawurati, mu Njiili no muri Qor'ani. Nta n'umwe rero yokwubaha akubahiriza isezerano kurusha Imana Allah. Bemeramana! Kubera ivyo rero, nimuhimbarwe n'urudandaza mwagize n'Imana Allah mu kuguza ubuzima bwanyu Ubwami bw'ijuru, iyo ni na yo ntsinzi rero ihambaye.

ٱلتَّٰٓئِبُونَ ٱلۡعَٰبِدُونَ ٱلۡحَٰمِدُونَ ٱلسَّآئِحُونَ ٱلرَّٰكِعُونَ ٱلسَّٰجِدُونَ ٱلۡأٓمِرُونَ بِٱلۡمَعۡرُوفِ وَٱلنَّاهُونَ عَنِ ٱلۡمُنكَرِ وَٱلۡحَٰفِظُونَ لِحُدُودِ ٱللَّهِۗ وَبَشِّرِ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ١١٢

112. Abahawe iryo sezerano rero, ni abigaya ku Mana Allah bakavavanura n'ivyaha; abitonesha mu kuyiyegereza mu vyo bakora vyose; abayishimagiza mu buryo ubwo ari bwo bwose, uko biri kwose; abipfunga; abayunamira bakanayubamira mu masengesho; ababwiriza abandi gukora ivyiza bakanababuza gukora ibibi; abubaha bakubahiriza amabwirizwa yayo ntibayarengeko. Muvugishwamana! Shikiriza rero

[1] Umusigiti wa Qubaa, niwaba wubatswe mu ntumbero y'igamburukiramana kuva umusi wubakwa, umusigiti wubatswe n'Intumwa i Madina wowo urushirizaho mu kuba wubatswe muri iyo ntumbero nyene.

abemeramana barangwa n'iyo migenzo, inkuru nziza ibahumuriza ko bishimiwe n'Imana Allah n'uko bazohabwa Ubwami bw'ijuru.

مَا كَانَ لِلنَّبِيِّ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَن يَسۡتَغۡفِرُواْ لِلۡمُشۡرِكِينَ وَلَوۡ كَانُوٓاْ أُوْلِي قُرۡبَىٰ مِنۢ بَعۡدِ مَا تَبَيَّنَ لَهُمۡ أَنَّهُمۡ أَصۡحَٰبُ ٱلۡجَحِيمِ ١١٣

113. Nta ho vyakabaye ko Umuvugishwamana hamwe n'abemeramana, basabira imbabazi ku Mana Allah, ababangikanyamana bapfuye bakibangikanya n'aho boba bari abavandimwe babo, mu nyuma y'aho bamenye neza na neza ko bari mu bantu bo mu muriro ururumba[1].

وَمَا كَانَ ٱسۡتِغۡفَارُ إِبۡرَٰهِيمَ لِأَبِيهِ إِلَّا عَن مَّوۡعِدَةٖ وَعَدَهَآ إِيَّاهُ فَلَمَّا تَبَيَّنَ لَهُۥٓ أَنَّهُۥ عَدُوّٞ لِّلَّهِ تَبَرَّأَ مِنۡهُۚ إِنَّ إِبۡرَٰهِيمَ لَأَوَّٰهٌ حَلِيمٞ ١١٤

114. Ugusaba imbabazi kw'Intumwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) kuri se yabangikanya Imana Allah, ntikwigeze kuba koko, kiretse ko ryari isango yamuhaye ryo kuzomusabira ku Mana Allah[2]. Aho rero amenyeye ko se ari umwansi w'Imana Allah, adahanurwa, akazohava apfa akiri umugarariji, yaciye areka kumusabira nya mbabazi ku Mana Allah, aranavavanura na we. Mu vy'ukuri, Intumwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), ni ukuri ni umutakamvyi koko ku Mana Allah, irangwa n'ubwitonzi no kubabarira kenshi.

وَمَا كَانَ ٱللَّهُ لِيُضِلَّ قَوۡمَۢا بَعۡدَ إِذۡ هَدَىٰهُمۡ حَتَّىٰ يُبَيِّنَ لَهُم مَّا يَتَّقُونَۚ إِنَّ ٱللَّهَ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٌ ١١٥

115. Nta ho vyakabaye ko Imana Allah Ireka umugwi w'abantu ngo uhube inyuma y'aho Iwurongoreye mu nzira igororotse, Itabanje kuwumenyesha amabwirizwa yayo ngo uyigamburukire canke ngo uyihakane. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikenewe mu kurongoka mu nzira yayo.

إِنَّ ٱللَّهَ لَهُۥ مُلۡكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ يُحۡيِۦ وَيُمِيتُۚ وَمَا لَكُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ مِن وَلِيّٖ وَلَا نَصِيرٖ ١١٦

116. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo [3]. Itanga ubuzima Ikanabwaka. Bantu mugabitaniriza Imana Allah! Nimumenye ko ata n'umwe mworonka atari Imana Allah yobahagarikira akabatunganiriza ivyanyu, eka mbere nta n'uwobatabara akabakingira ibihano vyayo.

لَّقَد تَّابَ ٱللَّهُ عَلَى ٱلنَّبِيِّ وَٱلۡمُهَٰجِرِينَ وَٱلۡأَنصَارِ ٱلَّذِينَ ٱتَّبَعُوهُ فِي سَاعَةِ ٱلۡعُسۡرَةِ مِنۢ بَعۡدِ مَا كَادَ يَزِيغُ قُلُوبُ فَرِيقٖ مِّنۡهُمۡ ثُمَّ تَابَ عَلَيۡهِمۡۚ إِنَّهُۥ بِهِمۡ رَءُوفٞ رَّحِيمٞ ١١٧

117. Ni ukuri, Imana Allah Yarashoboje Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) kuyitakambira no kuyumvira, Yaranumviye Igirira ikigongwe n'abateshejwe izabo bakimukira i Madina, hamwe n'abasangwa babakiriye hamwe n'Intumwa, bakababatabara, bakanajana n'Intumwa ku rugamba rwa Tabuuki mu gihe c'ubukene n'ubushuhe bumena imbwa agahanga, Imana Allah Yabagiriye ikigongwe inyuma y'aho muri bo harimwo umugwi wariko

[1] Ku kubera ko Imana Allah Itababarira ibangikanyamana. Imana Allah Yavuze Iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah ntigumiriza akabanga ku vyaha ngo Ibabarire uwuyibangikanya" (An-Nisaa-i: 48). Iranavuga kandi Iti: "Mu vy'ukuri, uwuzobangikanya Imana Allah, ni ukuri Imana Allah Yaraziririje ko yoja mu Bwami bw'ijuru" (Al-Maa-ida: 72).

[2] Raba Aayah ya 47 mu gisomwa citiriwe Mariyamu.

[3] Ni na co gituma Imana Allah Idakwiye kubangikanywa mu kurema kwayo, mw'itunganiriza ry'ibiremwa, mu bumana bwayo no mu gushinga amateka kwayo.

uragonanwa ku mutima, uhakwa kutaja kuri nya rugamba, maze Irawuremesha urarujako. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenikigongwe, Nyenimbabazi ku batoni bayo;

118. Vyongeye, Imana Allah Yarumviye Igirira n'ikigongwe abantu batatu[1] mu basangwa basivye ku rugamba rwa Tabuuki, hanyuma baratuntura ku mutima gushika n'aho isi ibagira kandi isanzwe yagutse kubera agahinda n'ukwicuza, barabura iyo baja n'iyo bava, baraheza baramenya ata gukekeranya ko ata buhungiro bafise kiretse ku Mana Allah. Ni ho rero mu nyuma Imana Allah Yabumvira, Iraheza Irabashoboza kwigaya kuri Yo. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Yo Nyenukwumvirabigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَعَلَى ٱلثَّلَٰثَةِ ٱلَّذِينَ خُلِّفُواْ حَتَّىٰٓ إِذَا ضَاقَتۡ عَلَيۡهِمُ ٱلۡأَرۡضُ بِمَا رَحُبَتۡ وَضَاقَتۡ عَلَيۡهِمۡ أَنفُسُهُمۡ وَظَنُّوٓاْ أَن لَّا مَلۡجَأَ مِنَ ٱللَّهِ إِلَّآ إِلَيۡهِ ثُمَّ تَابَ عَلَيۡهِمۡ لِيَتُوبُوٓاْۚ إِنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلتَّوَّابُ ٱلرَّحِيمُ ١١٨

119. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, kandi mwame na ntaryo muri kumwe n'imvugakuri.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَكُونُواْ مَعَ ٱلصَّٰدِقِينَ ١١٩

120. Ntivyari bibereye na gato ko abantu baba mu gisagara ca Madina n'ababa mu micungararo yaco, basiba ku rugamba ngo ntibajane n'Intumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah); eka ntibari no gushima kuruhuka mu zabo mu gihe Intumwa y'Imana iri ku muruho w'urugamba. Ivyo rero vyatewe n'uko batigera bashikirwa n'inyota, umuruho canke inzara mu gihe bari mu nzira yo guharanira idini ry'Imana Allah, eka ntibanaca ahantu bigashavuza abagarariji ko bahaciye, eka ntibigera bananesha canke ngo bice umwansi, kiretse ko kuri ivyo vyose, bandikirwa n'Imana Allah indishi y'ibikorwa vyiza. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntitakaza namba indishi z'abagwaneza;

مَا كَانَ لِأَهۡلِ ٱلۡمَدِينَةِ وَمَنۡ حَوۡلَهُم مِّنَ ٱلۡأَعۡرَابِ أَن يَتَخَلَّفُواْ عَن رَّسُولِ ٱللَّهِ وَلَا يَرۡغَبُواْ بِأَنفُسِهِمۡ عَن نَّفۡسِهِۦۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمۡ لَا يُصِيبُهُمۡ ظَمَأٞ وَلَا نَصَبٞ وَلَا مَخۡمَصَةٞ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَلَا يَطَـُٔونَ مَوۡطِئٗا يَغِيظُ ٱلۡكُفَّارَ وَلَا يَنَالُونَ مِنۡ عَدُوّٖ نَّيۡلًا إِلَّا كُتِبَ لَهُم بِهِۦ عَمَلٞ صَٰلِحٌۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُضِيعُ أَجۡرَ ٱلۡمُحۡسِنِينَ ١٢٠

121. Ntibanatanga bike canke vyinshi ku bw'Imana Allah, nta n'akabande barengana bagiye guharanira idini ry'Imana Allah, kiretse ko babihemberwa, kugira Imana Allah Ibahe indishi nziza ibereye gusumba.

وَلَا يُنفِقُونَ نَفَقَةٗ صَغِيرَةٗ وَلَا كَبِيرَةٗ وَلَا يَقۡطَعُونَ وَادِيًا إِلَّا كُتِبَ لَهُمۡ لِيَجۡزِيَهُمُ ٱللَّهُ أَحۡسَنَ مَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ١٢١

122. Ntivyari na ngombwa rero ko abemeramana bagira rimwe bose ku rugamba, nk'uko bitari vyo ko basibira rimwe bose. Ese iyo hagira abaja ku rugamba bakwiye, bavuye mu migwi yose, hakagira rero n'abasiba ku rugamba kugira baronke akaryo ko kwiga idini, gutyo bakazogabisha benewabo ku bihano vy'Imana Allah igihe basubiye inyuma, kugira ngo biyubare ibihano vyayo.

۞ وَمَا كَانَ ٱلۡمُؤۡمِنُونَ لِيَنفِرُواْ كَآفَّةٗۚ فَلَوۡلَا نَفَرَ مِن كُلِّ فِرۡقَةٖ مِّنۡهُمۡ طَآئِفَةٞ لِّيَتَفَقَّهُواْ فِي ٱلدِّينِ وَلِيُنذِرُواْ قَوۡمَهُمۡ إِذَا رَجَعُوٓاْ إِلَيۡهِمۡ لَعَلَّهُمۡ يَحۡذَرُونَ ١٢٢

[1] Ari bo MURARA mwene Al-Rabii'i, KA'B mwene Maalik na Hilaali mwene Umayya.

123. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimutangure kwica abari hafi yanyu mu bagarariji, baheze bumve ubukazi bwanyu, munamenye kandi ko Imana Allah Iri kumwe n'abagamburukiramana mu kubatabara no mu kubashikana ku ntsinzi.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ قَٰتِلُواْ ٱلَّذِينَ يَلُونَكُم مِّنَ ٱلۡكُفَّارِ وَلۡيَجِدُواْ فِيكُمۡ غِلۡظَةٗۚ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ مَعَ ٱلۡمُتَّقِينَ ١٢٣

124. Iyo Intumwa y'Imana imanuriwe igisomwa muri Qor'ani, mu ndyarya ntihabura uwuvuga atebura n'akantu ati: "Mbega yemwe! Ni nde muri mwebwe yongererejwe ukwemera n'iki gisomwa!". Abemeye rero Imana Allah n'Intumwa yayo, imanurwa rya nya gisomwa riraheza rikabongerereza ukwemera no kuzigama ibirimwo, bakanabihimbarirwa.

وَإِذَا مَآ أُنزِلَتۡ سُورَةٞ فَمِنۡهُم مَّن يَقُولُ أَيُّكُمۡ زَادَتۡهُ هَٰذِهِۦٓ إِيمَٰنٗاۚ فَأَمَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ فَزَادَتۡهُمۡ إِيمَٰنٗا وَهُمۡ يَسۡتَبۡشِرُونَ ١٢٤

125. Nayo abo imitima yabo yasinzikajwe n'indwara y'uburyarya n'amakenga mw'idini, imanurwa rya nya gisomwa ribongerereza uburyarya ku bwo bari basanganwe, bakazorinda bapfa bakiri abagarariji.

وَأَمَّا ٱلَّذِينَ فِي قُلُوبِهِم مَّرَضٞ فَزَادَتۡهُمۡ رِجۡسًا إِلَىٰ رِجۡسِهِمۡ وَمَاتُواْ وَهُمۡ كَٰفِرُونَ ١٢٥

126. Ubwo none, indyarya ntizibona ko zigeragezwa n'Imana Allah ku mapfa, kubaho nabi no guteterezwa rimwe canke kabiri ku mwaka ku mwaka! Hamwe n'iryo geragezwa rero, ntiziheza ngo zigaye ku Mana Allah, ngo zivavanure n'uburyarya, eka mbere ntizinibuka namba ivyemezo vy'Imana Allah ngo zikebuke.

أَوَلَا يَرَوۡنَ أَنَّهُمۡ يُفۡتَنُونَ فِي كُلِّ عَامٖ مَّرَّةً أَوۡ مَرَّتَيۡنِ ثُمَّ لَا يَتُوبُونَ وَلَا هُمۡ يَذَّكَّرُونَ ١٢٦

127. Iyo rero hamanuwe igisomwa ca Qor'ani, kiza gishira ahabona uburyarya bwazo, ziraheza zikavunanira urugohe ku guteterwa n'ukumaramara n'akantu, zikavuga ku mutima n'ishavu n'akantu ziti: "Hari n'umwe yobabona mu gihe mwohaguruka mukava mu cicaro c'Intumwa!"; zigaheza rero zigahaguruka, zikiyonjorora ata wuzibona ku kwanka guteterwa. Burya Imana Allah, Yarakebanije imitima yazo ntizashobora kwemera koko, ku kubera ko zidatahura icubahiro c'Imana Allah ngo zikebuke.

وَإِذَا مَآ أُنزِلَتۡ سُورَةٞ نَّظَرَ بَعۡضُهُمۡ إِلَىٰ بَعۡضٍ هَلۡ يَرَىٰكُم مِّنۡ أَحَدٖ ثُمَّ ٱنصَرَفُواْۚ صَرَفَ ٱللَّهُ قُلُوبَهُم بِأَنَّهُمۡ قَوۡمٞ لَّا يَفۡقَهُونَ ١٢٧

128. Bemeramana! Mwarashikiriwe n'Intumwa ivuye muri mwebwe nyene, ituntuzwa n'ibibabangamira, yitwararika ko muba abemeramana koko, irangwa n'ikigongwe n'impuhwe nyinshi ku bemeramana.

لَقَدۡ جَآءَكُمۡ رَسُولٞ مِّنۡ أَنفُسِكُمۡ عَزِيزٌ عَلَيۡهِ مَا عَنِتُّمۡ حَرِيصٌ عَلَيۡكُم بِٱلۡمُؤۡمِنِينَ رَءُوفٞ رَّحِيمٞ ١٢٨

129. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana n'indyarya, nibirengagiza kukwemera, urababwira uti: "Iyikwiye kumpagararira muri vyose, ni Imana Allah; nta yindi mana ikwiye gusengwa vy'ukuri atari Yo, ni Yo nishimikije nkizera mu vyanje vyose, ni na Yo Mana Rurema w'Ubuhangamo bwayo buhambaye[1]".

فَإِن تَوَلَّوۡاْ فَقُلۡ حَسۡبِيَ ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَۖ عَلَيۡهِ تَوَكَّلۡتُۖ وَهُوَ رَبُّ ٱلۡعَرۡشِ ٱلۡعَظِيمِ ١٢٩

[1] Ubuhangamo bw'Imana Allah "ARSH", ni co kiremwa amahanga gihambaye kuruta ibindi biremwa vyose.

10. Yuunus (Intumwa Yunusu)
Aayah 109, Madina

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

الٓرۚ تِلۡكَ ءَايَٰتُ ٱلۡكِتَٰبِ ٱلۡحَكِيمِ ١

1. Alif Laam Raa[1]. Izi ni Aayah z'Igitabu gitunganye neza, catunganijwe n'Imana Allah Iraheza Iragitomorera ibiremwa.

أَكَانَ لِلنَّاسِ عَجَبًا أَنۡ أَوۡحَيۡنَآ إِلَىٰ رَجُلٖ مِّنۡهُمۡ أَنۡ أَنذِرِ ٱلنَّاسَ وَبَشِّرِ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَنَّ لَهُمۡ قَدَمَ صِدۡقٍ عِندَ رَبِّهِمۡۗ قَالَ ٱلۡكَٰفِرُونَ إِنَّ هَٰذَا لَسَٰحِرٞ مُّبِينٌ ٢

2. Mbega biratangaje ku bantu, kuba Twebwe Allah Twaramanuriye Qor'ani umwe muri bo, Tukamubwiriza Duti: "Bagabishe ku bihano vy'Imana Allah, unashikirize abemeye Imana Allah n'Intumwa, inkuru nziza ibahumuriza ko Imana yabo Rurema Allah, Yabategekanirije indishi nziza ku vyiza bakoze"! Igihe Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yashikiriza ivyo yahishuriwe, abagarariji barinamuye bavuga bati: "Mu vy'ukuri, uyu Muhamadi, ni ukuri ni umurozi yeruye".

إِنَّ رَبَّكُمُ ٱللَّهُ ٱلَّذِي خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ فِي سِتَّةِ أَيَّامٖ ثُمَّ ٱسۡتَوَىٰ عَلَى ٱلۡعَرۡشِۖ يُدَبِّرُ ٱلۡأَمۡرَۖ مَا مِن شَفِيعٍ إِلَّا مِنۢ بَعۡدِ إِذۡنِهِۦۚ ذَٰلِكُمُ ٱللَّهُ رَبُّكُمۡ فَٱعۡبُدُوهُۚ أَفَلَا تَذَكَّرُونَ ٣

3. Bantu! Mu vy'ukuri, Imana yanyu Rurema ni Allah, Yaremye amajuru n'isi mu misi itandatu, hanyuma Iraheza Irahangama hejuru y'ibiremwa vyose; ku Buhangamo bwayo "Al'Arsh" mu buryo buberanye n'icubahiro cayo, Itunganiriza ibiremwa ata na kimwe kivuyemwo. Nta musavyi azovugira uwundi ku musi w'izuka, kiretse inyuma yuko Imuhaye uburenganzira. Iyo rero, ni Yo Mana yanyu Rurema Allah, enda nimuyiyegereze mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya. Ubwo ntimwokwibuka mukanyurwa na Aayah za Qor'ani!

إِلَيۡهِ مَرۡجِعُكُمۡ جَمِيعٗاۖ وَعۡدَ ٱللَّهِ حَقًّاۚ إِنَّهُۥ يَبۡدَؤُاْ ٱلۡخَلۡقَ ثُمَّ يُعِيدُهُۥ لِيَجۡزِيَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ بِٱلۡقِسۡطِۚ وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لَهُمۡ شَرَابٞ مِّنۡ حَمِيمٖ وَعَذَابٌ أَلِيمُۢ بِمَا كَانُواْ يَكۡفُرُونَ ٤

4. Ni ku Mana yanyu Rurema Allah muzosubira mwese ku musi w'izuka. Iryo ni isango ry'ukuri ry'Imana Allah. Mu vy'ukuri, ni Yo Ishoboye kurema ibiremwa ata co Irinze gufatirako, Ishoboye no kubisubiza ubuzima n'indemo bikazuka inyuma yo gupfa, kugira Ihembe abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakanakora n'ivyiza bitegetswe indishi ikwiye. Nayo abagarariye Imana Allah n'Intumwa yayo, barategekanirijwe ikinyobwa c'amazi asebuye akaryimara, abashishura mu maso, akanacagagura n'amara; barategekanirijwe n'ibihano bibabaza bitewe n'ubugarariji bwabo;

هُوَ ٱلَّذِي جَعَلَ ٱلشَّمۡسَ ضِيَآءٗ وَٱلۡقَمَرَ نُورٗا وَقَدَّرَهُۥ مَنَازِلَ لِتَعۡلَمُواْ عَدَدَ ٱلسِّنِينَ

5. Ni Yo Yaremye izuba ryakaka, Irema n'ukwezi kubonesha, Iraheza Igenera ukwezi ibituro kugira mumenyere ku mboneko yakwo, igitigiri c'amezi n'imyaka; muheze mumenye n'imisi kw'iseruka ry'izuba. Ivyo vyose

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

rero, Imana Allah ntiyabiremye kiretse mu ntumbero y'ukuri mu kugaragaza ubushobozi n'ububasha nta ngere n'ubumenyi vyayo. Burya Imana Allah Itomorera ivyemezo vy'ubushobozi bwayo abantu bazi ihangiro ryayo mu kurema.

وَٱلْحِسَابَۚ مَا خَلَقَ ٱللَّهُ ذَٰلِكَ إِلَّا بِٱلْحَقِّۚ يُفَصِّلُ ٱلْأٓيَٰتِ لِقَوْمٍ يَعْلَمُونَ ۝٥

6. Mu vy'ukuri, mw'ibisikanya n'ikurakuranwa ry'ijoro n'umurango, no mu bitangaza Yaremye mu majuru no mw'isi, n'indinganizo iri hagati yavyo, mw'iremwa ry'ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo bigaragara ku bantu batinya bakiyubara ibihano vy'Imana Allah.

إِنَّ فِى ٱخْتِلَٰفِ ٱلَّيْلِ وَٱلنَّهَارِ وَمَا خَلَقَ ٱللَّهُ فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ لَءَايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يَتَّقُونَ ۝٦

7. Mu vy'ukuri, abatizeye ko bazozuka bagahura na Twebwe Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kugira bahemberwe ivyo bakoze[1], bakishimira ubuzima bucirirtse bwo kw'isi, bakanabwigura, hamwe n'abagoswe mu kutemera Aayah n'ivyemezo vyacu[2];

إِنَّ ٱلَّذِينَ لَا يَرْجُونَ لِقَآءَنَا وَرَضُوا۟ بِٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا وَٱطْمَأَنُّوا۟ بِهَا وَٱلَّذِينَ هُمْ عَنْ ءَايَٰتِنَا غَٰفِلُونَ ۝٧

8. Abo rero, ubushikiro bwabo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni mu muriro wa Jahannamu, ni yo ndishi y'ivyo bari bararondeye kw'isi.

أُو۟لَٰٓئِكَ مَأْوَىٰهُمُ ٱلنَّارُ بِمَا كَانُوا۟ يَكْسِبُونَ ۝٨

9. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakanakora n'ivyiza bitegetswe, Imana yabo Rurema Allah, Iraheza Ikabarongora ku kwemera kwabo, mu nzira yo gukora ivyiza bitegetswe bazohemberwa Ubwami bw'ijuru bwuzuye inema, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi;

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ يَهْدِيهِمْ رَبُّهُم بِإِيمَٰنِهِمْۖ تَجْرِى مِن تَحْتِهِمُ ٱلْأَنْهَٰرُ فِى جَنَّٰتِ ٱلنَّعِيمِ ۝٩

10. Ibisabisho vy'abari mu Bwami bw'ijuru, ni itagatifuza ry'Imana Allah bavuga bati: "Ukuninahazwa ni ukwawe Mana Nzima".

دَعْوَىٰهُمْ فِيهَا سُبْحَٰنَكَ ٱللَّهُمَّ وَتَحِيَّتُهُمْ فِيهَا سَلَٰمٌۚ وَءَاخِرُ دَعْوَىٰهُمْ أَنِ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ۝١٠

Indamusto yabo na yo, ni "Gira amahoro![3]". isozerwa ry'ibisabisho vyabo na ryo, rizorangwa no gushimira hamwe no gushimagiza Imana Allah bati: "Al-Hamdu lillaahi Rabbi l'aalamiin", (Nihashimagizwe Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose).

11. Imana Allah, iyo Yihutira kwishura ikibi gisabwa n'abantu nka kurya Yihutira kwishura iciza basavye, ni ukuri bari guhona, hanyuma Twebwe Allah Tugaheza Tukarekera abatizeye guhura na Twe, mu bugarariji bwabo bajuragirika mu kubura ico bafata n'ico bareka hagati yo kwemera no guhakana.

۞وَلَوْ يُعَجِّلُ ٱللَّهُ لِلنَّاسِ ٱلشَّرَّ ٱسْتِعْجَالَهُم بِٱلْخَيْرِ لَقُضِىَ إِلَيْهِمْ أَجَلُهُمْۚ فَنَذَرُ ٱلَّذِينَ لَا يَرْجُونَ لِقَآءَنَا فِى طُغْيَٰنِهِمْ يَعْمَهُونَ ۝١١

12. Iyo umuntu akozweko n'ivyago, aca adusaba Twebwe Allah adutakambira ngo Tubimukureko, nta ko atagira mu kudutaka mu buryo bwose; yaba mu gihe akitse urubavu,

وَإِذَا مَسَّ ٱلْإِنسَٰنَ ٱلضُّرُّ دَعَانَا لِجَنۢبِهِۦٓ أَوْ قَاعِدًا أَوْ قَآئِمًا فَلَمَّا كَشَفْنَا عَنْهُ ضُرَّهُۥ

[1] Abatemera ko hari iharurirwa ry'ibiremwa kugira bihemberwe ivyo vyakoze.
[2] Ivyemezo bibonekera mu vyo Twaremye no mu vyo Twamanuye muri Qor'ani.
[3] "Assalaamu alaykum", ni yo ndamutso abari mu Bwami bw'ijuru bazoramukanya, ikaba ari na yo bazoramutswa n'Imana Allah hamwe n'abamalayika bayo.

مَرَّ كَأَن لَّمْ يَدْعُنَآ إِلَىٰ ضُرٍّ مَّسَّهُۥ ۚ كَذَٰلِكَ زُيِّنَ لِلْمُسْرِفِينَ مَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١٢﴾

mu gihe yicaye canke ahagaze; Turamutse rero Tumukuyeko nya vyago vyamushikiye, aca abandanya mu ngeso mbi nk'uko yari ari nya vyago bitaramushikira; womenga ntiyigeze atwitabaza ngo ashoke adushimira! Ni nk'uko nyene rero - uwushikiwe n'ivyago aryoherezwa kubandanya kugarariza inyuma yo kubimukurako - shetani iryohereza abimonogoje mu bugarariji, kubandanya bagarariza.

وَلَقَدْ أَهْلَكْنَا ٱلْقُرُونَ مِن قَبْلِكُمْ لَمَّا ظَلَمُوا۟ وَجَآءَتْهُمْ رُسُلُهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ وَمَا كَانُوا۟ لِيُؤْمِنُوا۟ ۚ كَذَٰلِكَ نَجْزِى ٱلْقَوْمَ ٱلْمُجْرِمِينَ ﴿١٣﴾

13. Babangikanyamana! Ni ukuri Twebwe Allah, Twarahoneje imigwi y'abantu b'abagarariji b'aho hambere yanyu igihe bagarariza, bakaba bari bararungikiwe n'Intumwa z'Imana Allah zibashikiriza ivyemezo bigaragaza ukuri kwazo, ntibaheza ngo bazemere. Ni nk'uko nyene rero - Twabahoneje - Duhemba abantu b'abanyavyaha barenga ku mabwirizwa yacu.

ثُمَّ جَعَلْنَٰكُمْ خَلَٰٓئِفَ فِى ٱلْأَرْضِ مِنۢ بَعْدِهِمْ لِنَنظُرَ كَيْفَ تَعْمَلُونَ ﴿١٤﴾

14. Bantu! Mu nyuma y'ihonywa ryabo rero, Twabagize abasubirizi kw'isi kugira Turabe ivyo mukora; vyaba ivyiza canke ibibi, gutyo Tuzoheze Duhembere umwe wese muri mwebwe ivyo yakoze.

وَإِذَا تُتْلَىٰ عَلَيْهِمْ ءَايَاتُنَا بَيِّنَٰتٍ قَالَ ٱلَّذِينَ لَا يَرْجُونَ لِقَآءَنَا ٱئْتِ بِقُرْءَانٍ غَيْرِ هَٰذَآ أَوْ بَدِّلْهُ ۚ قُلْ مَا يَكُونُ لِىٓ أَنْ أُبَدِّلَهُۥ مِن تِلْقَآئِ نَفْسِىٓ ۖ إِنْ أَتَّبِعُ إِلَّا مَا يُوحَىٰٓ إِلَىَّ ۖ إِنِّىٓ أَخَافُ إِنْ عَصَيْتُ رَبِّى عَذَابَ يَوْمٍ عَظِيمٍ ﴿١٥﴾

15. Ababangikanyamana iyo basomewe Aayah zacu Twebwe Allah zitomoye, abatizeye ko bazozuka bagahura na Twe mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kugira bahemberwe ivyo bakoze, baca binamura bakavuga bati: "Enda nyabuna, zana iyindi Qor'ani atari iyi canke uhindure ingingo zirimwo[1]". Ntumwa y'Imana! Bishure uti: "Sindekuriwe kugira na kimwe mpinduye muri Qor'ani, nshira mu ngiro nkubahiriza ivyo mpishuriwe n'Imana Allah; jewe mu vy'ukuri, ndatinya mu gihe noca kubiri n'amabwirizwa y'Imana yanje Rurema Allah, ko Yompana ku musi uhambaye w'izuka".

قُل لَّوْ شَآءَ ٱللَّهُ مَا تَلَوْتُهُۥ عَلَيْكُمْ وَلَآ أَدْرَىٰكُم بِهِۦ ۖ فَقَدْ لَبِثْتُ فِيكُمْ عُمُرًا مِّن قَبْلِهِۦٓ ۖ أَفَلَا تَعْقِلُونَ ﴿١٦﴾

16. Ntumwa y'Imana! Ishura abo babangikanyamana uti: Imana Allah iyo Ishaka, sinari kubasomera Qor'ani, eka ntiyari no kuyibamenyesha namba, ni ukuri murazi neza ko nabanye na mwe igihe kirekire, sinari bwigere ndabasomera Qor'ani imbere yuko ndayihishurirwa. Mbega none ntimugira ubwenge ngo mutahure koko, ko Qor'ani ari ukuri kuzima!

فَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّنِ ٱفْتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا أَوْ كَذَّبَ بِـَٔايَٰتِهِۦٓ ۚ إِنَّهُۥ لَا يُفْلِحُ ٱلْمُجْرِمُونَ ﴿١٧﴾

17. Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah canke uwuhakana yivuye inyuma Aayah zayo. Mu vy'ukuri, abanyavyaha bagarariza Imana Allah n'Intumwa zayo, ntibazokwigera baroranirwa mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa.

---

[2] Uheze uzirure ibiziririjwe, uziririze n'ibiziruye, ahavugwa igabisha ku bihano havugwe ihumuriza ku kigongwe c'Imana Rurema Allah, wongere ureke kunebagura ibigirwamana vyacu.

18. Ababangikanyamana basenga mu gishingo c'Imana Allah, ibigirwamana ata na kimwe bibamariye mu gihe babisenze, eka ata n'ico bibiciye mu gihe boreka kubisenga[1], bakanavuga bigovyora ngo ibi bigirwamana, tubisenga kugira gusa bituvugire ku Mana Allah! Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mbega none mubwira Imana Allah ko bibavugira kuri Yo, kandi Yoyo Itazi ko iryo vugira ribaho mu majuru no mw'isi![2]". Imana Allah Nininahazwe, Ihabwe n'icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo bayibangikanya.

وَيَعۡبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَا لَا يَضُرُّهُمۡ وَلَا يَنفَعُهُمۡ وَيَقُولُونَ هَٰٓؤُلَآءِ شُفَعَٰٓؤُنَا عِندَ ٱللَّهِۚ قُلۡ أَتُنَبِّـُٔونَ ٱللَّهَ بِمَا لَا يَعۡلَمُ فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَلَا فِي ٱلۡأَرۡضِۚ سُبۡحَٰنَهُۥ وَتَعَٰلَىٰ عَمَّا يُشۡرِكُونَ ١٨

19. Abantu bose burya bari mw'idini rimwe ry'ubwislamu hanyuma bicamwo imigwi, gutyo muri bo habamwo abagarariji, habamwo n'abagumye mu bwislamu. Iyo rero hataba ijambo ry'impuhwe zo kutihutira guhana ibigaba rivuye ku Mana yawe Rurema Allah, ni ukuri abagarariji bari guhanwa bagahona, maze hagasigara gusa abagororotsi.

وَمَا كَانَ ٱلنَّاسُ إِلَّآ أُمَّةً وَٰحِدَةً فَٱخۡتَلَفُواْۚ وَلَوۡلَا كَلِمَةٞ سَبَقَتۡ مِن رَّبِّكَ لَقُضِيَ بَيۡنَهُمۡ فِيمَا فِيهِ يَخۡتَلِفُونَ ١٩

20. Abagarariji bavuga ku guhakana n'akantu bati: "Muhamadi ntiyari gupfuma amanurirwa n'Imana yiwe Rurema Allah igitangaro gifadika cemeza ukuri kwiwe; nk'inkoni yahawe Musa, canke ingamiya yururukirijwe Swalehe!". Ntumwa y'Imana! Bishure uti: "Ubumenyi bw'ibinyegejwe, ni ubw'Imana Allah, ni Yo Izi igihe bikenerwa ko Imanura ikimenyetso gifadika. Kubera ivyo rero, nimurindire ingingo y'Imana Allah ku bigaba canke ku bagororotsi, nanje mu vy'ukuri ndarindiriye hamwe na mwe".

وَيَقُولُونَ لَوۡلَآ أُنزِلَ عَلَيۡهِ ءَايَةٞ مِّن رَّبِّهِۦۖ فَقُلۡ إِنَّمَا ٱلۡغَيۡبُ لِلَّهِ فَٱنتَظِرُوٓاْ إِنِّي مَعَكُم مِّنَ ٱلۡمُنتَظِرِينَ ٢٠

21. Iyo Twebwe Allah Duhonjeje abagarariji ku mpuhwe zacu bakoroherwa inyuma y'ivyago vyabashikiye, baca bagarariza bagatebura kuri Aayah zacu. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Burya Imana Allah, Irihuta guhinyura no gukwegera ibigaba mu bihano bukebuke". Mu vy'ukuri, Intumwa zacu z'abamalayika zirandika ata kwihenda igarariza n'itebura vyabo kuri Aayah zacu, Tuzoheza rero Tubibahanire.

وَإِذَآ أَذَقۡنَا ٱلنَّاسَ رَحۡمَةً مِّنۢ بَعۡدِ ضَرَّآءَ مَسَّتۡهُمۡ إِذَا لَهُم مَّكۡرٞ فِيٓ ءَايَاتِنَاۚ قُلِ ٱللَّهُ أَسۡرَعُ مَكۡرًاۚ إِنَّ رُسُلَنَا يَكۡتُبُونَ مَا تَمۡكُرُونَ ٢١

22. Imana Allah, ni Yo Ibashoboza kwiyunguruza muciye hasi ku bitwazi no mu gihe musoza mu bwato muciye mw'ibahari. Iyo rero muri mu bwato, bugasunikwa n'akayaga keza, abari muri nya bwato akamwemwe kabasya; mu nyuma y'aho hakaza umuyaga w'igihuhusi, ba bantu bari mu bwato bakugarizwa n'imikuba ivuye hirya n'ino, bakabona neza na neza ko urwabo rwashitse bagire batwarwe, muri ico gihe baca bambaza Imana Imwe

هُوَ ٱلَّذِي يُسَيِّرُكُمۡ فِي ٱلۡبَرِّ وَٱلۡبَحۡرِۖ حَتَّىٰٓ إِذَا كُنتُمۡ فِي ٱلۡفُلۡكِ وَجَرَيۡنَ بِهِم بِرِيحٖ طَيِّبَةٖ وَفَرِحُواْ بِهَا جَآءَتۡهَا رِيحٌ عَاصِفٞ وَجَآءَهُمُ ٱلۡمَوۡجُ مِن كُلِّ مَكَانٖ وَظَنُّوٓاْ أَنَّهُمۡ أُحِيطَ بِهِمۡ دَعَوُاْ ٱللَّهَ مُخۡلِصِينَ لَهُ ٱلدِّينَ

[1] Haba kw'isi canke mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

[2] Iyo biba vyo, ko ibigirwamana bishobora kubavugira ku Mana Allah, Imana Allah Yari kuba Ibizi kubasumba.

Rudende Allah, bakibagira n'ivyo bahora bayibangikanya, bagaheza bakavuga bitabariza bati: “Mana Allah! Mu gihe Wodukura muri kano kaga turimwo, ni ukuri twoba mu bantu bagushimira koko!”;

لَئِنْ أَنجَيْتَنَا مِنْ هَٰذِهِۦ لَنَكُونَنَّ مِنَ ٱلشَّٰكِرِينَ ﴿٢٢﴾

23. Imana Allah Yabumvira, Ikabakura muri nya kaga bakarusimba, bagashoka bagenzwa n’ubwononyi kw’isi mu gukora ivyaha. Emwe bantu! Ni ukuri, ingaruka mbi z’ubugaba bwanyu zibagarukako mwebwe nyene. Nimuryoherwe rero gato n’ubuzima bwo kw’isi, hanyuma impera n'imperuka muzosubizwa kuri Twebwe Allah, Duheze Tubamenyeshe ido n’ido ivyo mwari mwarakoze kw’isi.

فَلَمَّآ أَنجَىٰهُمْ إِذَا هُمْ يَبْغُونَ فِى ٱلْأَرْضِ بِغَيْرِ ٱلْحَقِّ ۗ يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ إِنَّمَا بَغْيُكُمْ عَلَىٰٓ أَنفُسِكُم ۖ مَّتَٰعَ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا ۖ ثُمَّ إِلَيْنَا مَرْجِعُكُمْ فَنُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٢٣﴾

24. Ni ukuri, akarorero k’ubuzima bwo kw’isi hamwe n’ibihendamaso vyabwo, ni nk’amazi y’imvura Tumanura avuye mu bicu azananye mu kirere, yamara kugwa kw’isi ibiterwa n'ubwatsi, ari na vyo bitunze abantu n’ibitungwa, bikanaga. Imirima yamara gutotahara, bene yo na bo bakibwira ko bazosoroma bakivuna inzara, hagaca haza mw’ijoro canke ku murango ingingo yacu yo guhonya nya biterwa n’ubwatsi, isi na yo ikagaduka ikaba ubukumbagare; nk’aho umenga nta ndimo yigeze iharangwa. Ni nk’uko nyene rero Twebwe Allah - Dushoboye guhonya ibihendamaso vy’isi - Dutomorera ivyemezo vyacu bigaragara, kugira abantu biyumvire baheza bahitamwo icobagirira akamaro kw’isi no mu buzima bw’inyuma yo gupfa.

إِنَّمَا مَثَلُ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا كَمَآءٍ أَنزَلْنَٰهُ مِنَ ٱلسَّمَآءِ فَٱخْتَلَطَ بِهِۦ نَبَاتُ ٱلْأَرْضِ مِمَّا يَأْكُلُ ٱلنَّاسُ وَٱلْأَنْعَٰمُ ۖ حَتَّىٰٓ إِذَآ أَخَذَتِ ٱلْأَرْضُ زُخْرُفَهَا وَٱزَّيَّنَتْ وَظَنَّ أَهْلُهَآ أَنَّهُمْ قَٰدِرُونَ عَلَيْهَآ أَتَىٰهَآ أَمْرُنَا لَيْلًا أَوْ نَهَارًا فَجَعَلْنَٰهَا حَصِيدًا كَأَن لَّمْ تَغْنَ بِٱلْأَمْسِ ۚ كَذَٰلِكَ نُفَصِّلُ ٱلْءَايَٰتِ لِقَوْمٍ يَتَفَكَّرُونَ ﴿٢٤﴾

25. Imana Allah rero, Irarikira abantu kuja mu Bwami bw’ijuru, Ikanarongora uwo Ishatse mu biremwa mu kumushoboza gutumbera inzira igororotse y’ubwislamu.

وَٱللَّهُ يَدْعُوٓا۟ إِلَىٰ دَارِ ٱلسَّلَٰمِ وَيَهْدِى مَن يَشَآءُ إِلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٢٥﴾

26. Abemeramana bumvira Imana Allah bakubahiriza n’amabwirizwa yayo, bakanayisenga mu bugwaneza nk’aho bayibona, baragenewe Ubwami bw’ijuru, vyongeye bazobona Imana Allah ukuri kwamye, ntibazorengwa n’intumo, eka ntibazonasuzugurika ngo bijirirwe ku musi w’izuka. Abo ni bo bantu rero bo mu Bwami bw’ijuru, bazobubamwo ibihe bidahera.

۞ لِّلَّذِينَ أَحْسَنُوا۟ ٱلْحُسْنَىٰ وَزِيَادَةٌ ۖ وَلَا يَرْهَقُ وُجُوهَهُمْ قَتَرٌ وَلَا ذِلَّةٌ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ أَصْحَٰبُ ٱلْجَنَّةِ ۖ هُمْ فِيهَا خَٰلِدُونَ ﴿٢٦﴾

27. Nayo abakoze ibicumuro kw’isi bakanagarariza Imana Allah, bazohemberwa ibikorwa vyabo bibi, maze babihanirwe mu buzima bw’inyuma yo gupfa ku rugero rungana n’ibibi bakoze, basuzugurike; ntibazoronka uwubakingira ibihano vy’Imana Allah, bazokwijirirwa mu maso; ubabonye wogira ngo bambitswe umuzimiza w’ijoro ry’umwijima tsiritsiri. Abo, ni bo bantu rero bo mu muriro, bazowubamwo ibihe bidahera.

وَٱلَّذِينَ كَسَبُوا۟ ٱلسَّيِّـَٔاتِ جَزَآءُ سَيِّئَةٍ بِمِثْلِهَا وَتَرْهَقُهُمْ ذِلَّةٌ ۖ مَّا لَهُم مِّنَ ٱللَّهِ مِنْ عَاصِمٍ ۖ كَأَنَّمَآ أُغْشِيَتْ وُجُوهُهُمْ قِطَعًا مِّنَ ٱلَّيْلِ مُظْلِمًا ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ أَصْحَٰبُ ٱلنَّارِ ۖ هُمْ فِيهَا خَٰلِدُونَ ﴿٢٧﴾

28. Ntumwa y'Imana! Ibuka umusi Twebwe Allah Twegeranirije hamwe ibiremwa vyose kugira biharurirwe, vyongere bihembwe, hanyuma Tukabwira ababangikanyamana Duti: "Ubu rero murahagaritswe, mwebwe hamwe n'ibigirwamana vyanyu mwahora musenga". Tuzoheza rero Dutandukanye ababangikanyamana n'ivyo basenga, maze ivyo basenga bibihakane, biteko bibabwire biti: "Eka si twebwe namba mwahora musenga kw'isi;

وَيَوْمَ نَحْشُرُهُمْ جَمِيعًا ثُمَّ نَقُولُ لِلَّذِينَ أَشْرَكُوا۟ مَكَانَكُمْ أَنتُمْ وَشُرَكَآؤُكُمْ ۚ فَزَيَّلْنَا بَيْنَهُمْ ۖ وَقَالَ شُرَكَآؤُهُم مَّا كُنتُمْ إِيَّانَا تَعْبُدُونَ ﴿٢٨﴾

29. Burya Imana Allah, Irakwiye kutubera Icabona twebwe hamwe na mwe, Ikaturenganura mu kwerekana ko twebwe tutari tuzi namba ivyo mukora n'uko ari twe mwasenga".

فَكَفَىٰ بِٱللَّهِ شَهِيدًۢا بَيْنَنَا وَبَيْنَكُمْ إِن كُنَّا عَنْ عِبَادَتِكُمْ لَغَٰفِلِينَ ﴿٢٩﴾

30. Aho rero ubutigu buzoba bugeze, aho umuntu uwo ari we wese yisuzuma akanamenya neza na neza ivyo yakoze, agaheza akabihemberwa. Aho rero ibiremwa vyose bizoba bisubiye ku Mana Allah Umuhagarikizi n'Umubungabunzi wavyo. Nayo ibigirwamana bizozimangana kuko ata co bizomarira ababangikanyamana.

هُنَالِكَ تَبْلُوا۟ كُلُّ نَفْسٍ مَّآ أَسْلَفَتْ ۚ وَرُدُّوٓا۟ إِلَى ٱللَّهِ مَوْلَىٰهُمُ ٱلْحَقِّ ۖ وَضَلَّ عَنْهُم مَّا كَانُوا۟ يَفْتَرُونَ ﴿٣٠﴾

31. Ntumwa y'Imana! Baza ababangikanyamana uti: "Ni nde abaronsa ibibabeshaho bivuye mw'ijuru biciye mu kugwa kw'imvura, n'ibivuye mw'isi iyo itotahaye hakanaga ibiterwa bibabeshaho, hamwe n'ubwatsi bubeshaho ibitungwa vyanyu! Ni nde agaba akanashoboza ugutwi kwumva, agashoboza n'amaso kubona! Ni nde agaba urupfu agatanga n'ubuzima ku biremwa vyose, agaheza akarema kizima mu capfuye, akanakura icapfuye muri kizima! Ni nde atunganya ivyerekeye ijuru n'isi n'ubuzima bw'ibiri hagati yavyo!". Bazoheza bishure bemanga ko Uwutunganya ivyo vyose, ari Imana Allah. Uraca ubabaza rero uti: "Ubwo none ntimwotinya ibihano vy'Imana Allah mugaheza mukayigamburukira!".

قُلْ مَن يَرْزُقُكُم مِّنَ ٱلسَّمَآءِ وَٱلْأَرْضِ أَمَّن يَمْلِكُ ٱلسَّمْعَ وَٱلْأَبْصَٰرَ وَمَن يُخْرِجُ ٱلْحَىَّ مِنَ ٱلْمَيِّتِ وَيُخْرِجُ ٱلْمَيِّتَ مِنَ ٱلْحَىِّ وَمَن يُدَبِّرُ ٱلْأَمْرَ ۚ فَسَيَقُولُونَ ٱللَّهُ ۚ فَقُلْ أَفَلَا تَتَّقُونَ ﴿٣١﴾

32. Iyo Mana Allah rero, ni Yo Mana yanyu Rurema y'ukuri, Ibwirizwa gusengwa ari Imwe Rudende Itabangikanywa. Burya, nta kiza inyuma y'ukuri atari ubuhuvyi! Ni gute mureka gusenga Imana Imwe Rudende Allah, mugahitamwo kuyibangikanya!

فَذَٰلِكُمُ ٱللَّهُ رَبُّكُمُ ٱلْحَقُّ ۖ فَمَاذَا بَعْدَ ٱلْحَقِّ إِلَّا ٱلضَّلَٰلُ ۖ فَأَنَّىٰ تُصْرَفُونَ ﴿٣٢﴾

33. Ni nk'uko nyene rero - abagarariji barendegera mw'ibangikanyamana bagahuba akagirire - ijambo ry'Imana yawe Rurema Allah ryagirije ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo, ko bitazogenda vyemeye Imana Imwe Rudende Allah n'Intumwa yayo.

كَذَٰلِكَ حَقَّتْ كَلِمَتُ رَبِّكَ عَلَى ٱلَّذِينَ فَسَقُوٓا۟ أَنَّهُمْ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿٣٣﴾

34. Ntumwa y'Imana! Baza ababangikanyamana uti: "Mbega mu bigirwamana vyanyu, hoba harimwo igishoboye gutanguza irema ry'ibiremwa, hanyuma kikabihonya, kigaheza kikabizura kikabiha indemo nk'iya mbere!". Babwire uti: "Imana Allah, ni Yo gusa Ishoboye gutanguza irema ry'ibiremwa, hanyuma Ikabihonya, Igaheza Ikabizura Ikabiha n'indemo nk'iya mbere". None ni gute mubangikanya Imana Allah ha kuyisenga ari Imwe Rudende!

قُلْ هَلْ مِن شُرَكَآئِكُم مَّن يَبْدَؤُاْ ٱلْخَلْقَ ثُمَّ يُعِيدُهُۥ ۚ قُلِ ٱللَّهُ يَبْدَؤُاْ ٱلْخَلْقَ ثُمَّ يُعِيدُهُۥ ۖ فَأَنَّىٰ تُؤْفَكُونَ ﴿٣٤﴾

35. Ntumwa y'Imana! Baza ababangikanyamana uti: "Mbega mu bigirwamana vyanyu, hoba harimwo igishoboye kurongora ikiremwa mu nzira y'ukuri!". Ihibambewe! Nta na kimwe bishoboye. Babwire uti: "Imana Allah, ni Yo gusa Ishoboye kurongora uwahuvye inzira, Ikamugarura mu nzira y'ukuri". None burya uwushoboye kurongora mu nzira y'ukuri, si we yategerezwa gukurikirwa, ha gukurikira uwudashoboye kurongora uwahuvye, vyongeye na we nyene kandi akeneye uwumuhubura! Mbega mwafashwe n'iki, gushika n'aho mufata ingingo yo kunganisha Imana Allah n'ibiremwa vyayo!

قُلْ هَلْ مِن شُرَكَآئِكُم مَّن يَهْدِىٓ إِلَى ٱلْحَقِّ ۚ قُلِ ٱللَّهُ يَهْدِى لِلْحَقِّ ۗ أَفَمَن يَهْدِىٓ إِلَى ٱلْحَقِّ أَحَقُّ أَن يُتَّبَعَ أَمَّن لَّا يَهِدِّىٓ إِلَّآ أَن يُهْدَىٰ ۖ فَمَا لَكُمْ كَيْفَ تَحْكُمُونَ ﴿٣٥﴾

36. Abenshi mu babangikanyamana, ntibakurikira mw'ibangikanyamana ryabo, kiretse ko hamwe n'ivyo bafise amakenga ko ibigirwamana bibegereza koko ku Mana Allah. Mu vy'ukuri, ugukekeranya ntigushikana ku kuri namba. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo bagira vyose.

وَمَا يَتَّبِعُ أَكْثَرُهُمْ إِلَّا ظَنًّا ۚ إِنَّ ٱلظَّنَّ لَا يُغْنِى مِنَ ٱلْحَقِّ شَيْـًٔا ۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٌۢ بِمَا يَفْعَلُونَ ﴿٣٦﴾

37. Nta n'umwe yoshobora kwiyitirira Qor'ani akavuga ko itavuye ku Mana Allah, ariko Imana Allah Yayimanuye kugira ishimangire ibiri mu Bitabu vy'aho hambere yayo, ko idini ry'Imana Allah ari rimwe, no kugira itomore neza amabwirizwa yahawe abantu barungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) muri Qor'ani, ata makenga ko yahishuwe n'Imana Rurema Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose.

وَمَا كَانَ هَٰذَا ٱلْقُرْءَانُ أَن يُفْتَرَىٰ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَلَٰكِن تَصْدِيقَ ٱلَّذِى بَيْنَ يَدَيْهِ وَتَفْصِيلَ ٱلْكِتَٰبِ لَا رَيْبَ فِيهِ مِن رَّبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٣٧﴾

38. Ntumwa y'Imana! Ahubwo rero bavuga ko Qor'ani yazanwe na Muhamadi ku gatwe kiwe! Babwire uti: "Enda rero nimuzane igisomwa na kimwe gisa nka Qor'ani, munararikire n'abo mushoboye havuyemwo Imana Allah, mu bantu no mu majini kugira babafashe nimwaba koko muri imvugakuri ko Qor'ani yazanwe na Muhamadi ku gatwe kiwe".

أَمْ يَقُولُونَ ٱفْتَرَىٰهُ ۖ قُلْ فَأْتُواْ بِسُورَةٍ مِّثْلِهِۦ وَٱدْعُواْ مَنِ ٱسْتَطَعْتُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٣٨﴾

39. Ahubwo rero bihutiye guhakana bivuye inyuma Qor'ani bakiyumva, bataranatahura ido n'ido ibirimwo[1], bataranashikirwa n'ukuri kw'ivyo yabasezeraniye. Ni nk'ukwo nyene rero[2] ab'aho hambere yabo bagararije. Ntumwa y'Imana! Itegereze rero ukuntu iherezo ry'abirenganije ryagenze[3]!

بَلْ كَذَّبُواْ بِمَا لَمْ يُحِيطُواْ بِعِلْمِهِۦ وَلَمَّا يَأْتِهِمْ تَأْوِيلُهُۥۚ كَذَٰلِكَ كَذَّبَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْۖ فَٱنظُرْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٣٩﴾

40. Ntumwa y'Imana! Mu bantu bawe warungitsweko, harimwo abemera Qor'ani, harimwo n'abatayemera namba. Burya Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Izi neza abagenzwa n'ubwononyi bwo kutemera Qor'ani, kandi Izobibahanira.

وَمِنْهُم مَّن يُؤْمِنُ بِهِۦ وَمِنْهُم مَّن لَّا يُؤْمِنُ بِهِۦۚ وَرَبُّكَ أَعْلَمُ بِٱلْمُفْسِدِينَ ﴿٤٠﴾

41. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana nibaramuka baguhakanye bivuye inyuma, uraheza ubabwire uti: "Ndafise idini ryanje nisunga mu vyo nkora, na mwe nyene murafise idini ryanyu mwisunga mu vyo mukora; mwebwe ntimuzohanirwa ivyo nkora kandi nanje sinzohanirwa ivyo mukora".

وَإِن كَذَّبُوكَ فَقُل لِّى عَمَلِى وَلَكُمْ عَمَلُكُمْۖ أَنتُم بَرِيٓـُٔونَ مِمَّآ أَعْمَلُ وَأَنَا۠ بَرِىٓءٌ مِّمَّا تَعْمَلُونَ ﴿٤١﴾

42. No mu bagarariji nyene, harimwo abakwumviriza iyo uriko urasoma Qor'ani ariko ntibemere ngo barongoke. Ntumwa y'Imana! Mbega woshobora gutuma ibipfamatwi vyumva bikanyurwa n'aho vyoba bidatahura[4]!

وَمِنْهُم مَّن يَسْتَمِعُونَ إِلَيْكَۚ أَفَأَنتَ تُسْمِعُ ٱلصُّمَّ وَلَوْ كَانُواْ لَا يَعْقِلُونَ ﴿٤٢﴾

43. Mu bagarariji harimwo n'abakuraba n'ivyemezo ushikiriza, ntibaheze ngo bemere kurongoka. Ntumwa y'Imana! Mbega woshobora gutuma ibipfamaso bibona bigatumbera inzira n'aho vyoba bitabona ukuri ngo binyurwe[5]!

وَمِنْهُم مَّن يَنظُرُ إِلَيْكَۚ أَفَأَنتَ تَهْدِى ٱلْعُمْىَ وَلَوْ كَانُواْ لَا يُبْصِرُونَ ﴿٤٣﴾

44. Mu vy'ukuri Imana Allah, nta na kimwe Irenganyako abantu mu kurengerezwa urugero rw'ibihano canke kugabanywa indishi, ariko abantu ni bo nyene birenganya mu guca kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah.

إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَظْلِمُ ٱلنَّاسَ شَيْـًٔا وَلَٰكِنَّ ٱلنَّاسَ أَنفُسَهُمْ يَظْلِمُونَ ﴿٤٤﴾

45. N'igihe Imana Allah Yegeranirije hamwe ababangikanyamana bose ku musi w'izuka, bakaba nk'aho batigeze baba kw'isi kiretse isaha imwe gusa y'umurango, bazoheza bamenyane nk'uko bari bakiri kw'isi, hanyuma nya kumenyana guhere mu kanya isase. Ni ukuri, harahomvye abagararije bagahakana bivuye

وَيَوْمَ يَحْشُرُهُمْ كَأَن لَّمْ يَلْبَثُوٓاْ إِلَّا سَاعَةً مِّنَ ٱلنَّهَارِ يَتَعَارَفُونَ بَيْنَهُمْۚ قَدْ خَسِرَ ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِلِقَآءِ ٱللَّهِ وَمَا كَانُواْ مُهْتَدِينَ ﴿٤٥﴾

[1] Nk'izuka n'iharurirwa ry'ibiremwa, guhemberwa ivyo vyakoze Ubwami bw'ijuru canke umuriro, n'ibindi.

[2] Ababangikanyamana bagararije ivyo bagabishijweko.

[3] Muri bo, harimwo abahonejwe na nyamugigima, harimwo n'abahonejwe n'isoma nturi, n'ibindi.

[4] Aha, Imana Allah Igereranya abumviriza Qor'ani ntibaheze ngo bemere, nka ba nyamuragi batumva ivyo uvuga n'aho wosemerera, kuko badatahura. Nka kurya rero, ata wushobora gutuma nyamuragi yumva ibivugwa, ni ko ata wushobora gutuma umugarariji yumvirije Qor'ani ayihakana, yemera mu gihe Imana Allah Itabishatse.

[1] Muri iyi Aayah, Imana Allah Igereranya ababona ivyemezo vyotuma bemera, ntibaheze ngo bemere, nka kurya kw'impumyi zitabona ngo zitumbere inzira. Nka kurya rero, ata wushobora gutuma impumyi ibona ngo itumbere inzira, ni ko umugarariji abona ivyemezo vyotuma yemera akabihakana, ata wushobora gutuma yemera mu gihe Imana Allah Itabishatse.

inyuma, ko bazozuka bagahura n'Imana Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kugira bahemberwe ivyo bakoze. Kira noneho, ntibari no gushobozwa kuba abagororotsi.

46. Ntumwa y'Imana! Nitwaramuka Tukweretse ukiri muzima bimwe mu bihano Twabasezeraniye kw'isi, canke Tukakwaka ubuzima ugapfa Tutarabikwereka, uko biri kwose ico womenya, ni uko impera n'imperuka bazosubizwa iwacu Twebwe Allah. Hanyuma Imana Allah, ni Yo Cabona ku vyo bagira vyose kw'isi, kandi Izobibahembera.

وَإِمَّا نُرِيَنَّكَ بَعْضَ ٱلَّذِى نَعِدُهُمْ أَوْ نَتَوَفَّيَنَّكَ فَإِلَيْنَا مَرْجِعُهُمْ ثُمَّ ٱللَّهُ شَهِيدٌ عَلَىٰ مَا يَفْعَلُونَ ﴿٤٦﴾

47. Bantu! Umugwi uwo ari wo wose w'abantu wabayeho aho hambere yanyu, wararungikiwe Intumwa ivuye muri bo; nk'uko mwarungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ibararikira kwumvira Imana Allah. Igihe rero haje Intumwa yabo ku musi w'izuka, bazocirirwa urugororotse, eka ntibazorenganywa namba.

وَلِكُلِّ أُمَّةٍ رَّسُولٌ ۖ فَإِذَا جَآءَ رَسُولُهُمْ قُضِىَ بَيْنَهُم بِٱلْقِسْطِ وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ ﴿٤٧﴾

48. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana barakubaza bavuga bati: "Mbega umusi w'izuka ni ryari, niwaba wewe n'abagukurikiye muri imvugakuri mu vyo mudusezeranira?".

وَيَقُولُونَ مَتَىٰ هَٰذَا ٱلْوَعْدُ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٤٨﴾

49. Ntumwa y'Imana! Bishure uti: "Nta kibi nshoboye kwikingira, eka nta n'ico nokwimarira kiretse ico Imana Allah Yashatse ko kiba". Burya umugwi wose w'abantu urafise isango wagenewe ryo gupfa; igihe rero isango ryawo ryo gupfa ryageze, ntushobora kwongerezwa ikiringo co kubaho eka n'ikiringo co kubaho, ntikinashobora guhera imbere y'isango nyezina.

قُل لَّآ أَمْلِكُ لِنَفْسِى ضَرًّا وَلَا نَفْعًا إِلَّا مَا شَآءَ ٱللَّهُ ۗ لِكُلِّ أُمَّةٍ أَجَلٌ ۚ إِذَا جَآءَ أَجَلُهُمْ فَلَا يَسْتَـْٔخِرُونَ سَاعَةً وَلَا يَسْتَقْدِمُونَ ﴿٤٩﴾

50. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Enda nyabuna, nimumbwire uko mwovyifatamwo, igihe mwoshikirwa n'ibihano vy'Imana Allah mw'ijoro canke ku murango! Mbega abanyavyaha barenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, bihutira iki mu gusaba ibihano!".

قُلْ أَرَءَيْتُمْ إِنْ أَتَىٰكُمْ عَذَابُهُۥ بَيَٰتًا أَوْ نَهَارًا مَّاذَا يَسْتَعْجِلُ مِنْهُ ٱلْمُجْرِمُونَ ﴿٥٠﴾

51. Mbega bagarariji! Inyuma y'aho mushikiwe n'ibihano, ni ho mwokwemera Imana Allah, kandi nya kwemera muri ico gihe ata co kwobamarira! Mwoheza mukabwirwa muti: "Ubu ni ho mubonye kwemera Imana Allah kandi mwahora muyiteburako!";

أَثُمَّ إِذَا مَا وَقَعَ ءَامَنتُم بِهِۦٓ ءَآلْـَٰٔنَ وَقَدْ كُنتُم بِهِۦ تَسْتَعْجِلُونَ ﴿٥١﴾

52. Hanyuma abirenganije mu kugarariza Imana Allah na bo, bakabwirwa bati: "Nimwumvirize ibihano vy'Imana Allah vyamaho, burya mugira ngo murahembwa kiretse ku vyo mwari mwararondeye kw'isi!".

ثُمَّ قِيلَ لِلَّذِينَ ظَلَمُوا۟ ذُوقُوا۟ عَذَابَ ٱلْخُلْدِ هَلْ تُجْزَوْنَ إِلَّا بِمَا كُنتُمْ تَكْسِبُونَ ﴿٥٢﴾

53. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana barakubaza ku vyerekeye guhanwa ku musi w'izuka, ko ari ivy'ukuri! Bishure uti: "Ego cane, ndarahiye kw'izina ry'Imana yanje

۞ وَيَسْتَنۢبِـُٔونَكَ أَحَقٌّ هُوَ ۖ قُلْ إِى وَرَبِّىٓ إِنَّهُۥ لَحَقٌّ ۖ وَمَآ أَنتُم بِمُعْجِزِينَ ﴿٥٣﴾

Rurema Allah, ni ivy'ukuri koko, kandi na mwe ntimuzonanira Imana Allah ko Ibazura, Ikanabahembera ivyo mwakoze".

54. Umuntu uwo ari we wese yirenganije mu kugarariza Imana Allah, iyo aba ashobora kugaba ibiri kw'isi vyose, akemererwa kubitanga ngo ntahanwe ku musi w'izuka, yovyigomboje mu bihano; abirenganije bazokwiyorobeka mu kutagaragaza ukwicuza igihe babonye ibihano vy'Imana Allah, bazoheza rero bacirirwe urugororotse, eka ntibazorenganywa namba ngo bacirirwe urwa ngondagonde.

وَلَوْ أَنَّ لِكُلِّ نَفْسٍ ظَلَمَتْ مَا فِى ٱلْأَرْضِ لَٱفْتَدَتْ بِهِۦ ۗ وَأَسَرُّوا۟ ٱلنَّدَامَةَ لَمَّا رَأَوُا۟ ٱلْعَذَابَ ۖ وَقُضِىَ بَيْنَهُم بِٱلْقِسْطِ وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ ﴿٥٤﴾

55. Bantu nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, ibiri mu majuru no mw'isi vyose, ni ivy'Imana Allah. Bantu nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, isezerano ry'Imana Allah ryo guhura no guhana ababangikanyamana, ni iry'ukuri, ariko rero abenshi muri bo nta vyo bazi.

أَلَآ إِنَّ لِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۗ أَلَآ إِنَّ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقٌّ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٥٥﴾

56. Imana Allah, ni Yo Itanga ubuzima, ni na Yo Yaka ubuzima; impera n'imperuka rero ni kuri Yo muzosubizwa nimwazuka.

هُوَ يُحْىِۦ وَيُمِيتُ وَإِلَيْهِ تُرْجَعُونَ ﴿٥٦﴾

57. Emwe bantu! Ni ukuri, mwarashikiriwe n'Igitabu ca Qor'ani kivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, kibagabisha ku bihano, kikanaremesha abemeramana, kirimwo n'agakiza k'indwara zihungabanya umushaha; nk'ubujuju n'ibangikanyamana. Muri co, harimwo kandi uburongozi n'impuhwe ku bemeramana.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ قَدْ جَآءَتْكُم مَّوْعِظَةٌ مِّن رَّبِّكُمْ وَشِفَآءٌ لِّمَا فِى ٱلصُّدُورِ وَهُدًى وَرَحْمَةٌ لِّلْمُؤْمِنِينَ ﴿٥٧﴾

58. Ntumwa y'Imana! Bwira abantu bose uti: "Ni ku mpano n'impuhwe vy'Imana Allah vyatumye Ibahitiramwo idini ry'ubwislamu". Kubera ivyo rero, nibagire akamwemwe, kuko ivyo ni ivyiza nta ngere kuri bo, biruta amatungo bahurumbira kwegeranya.

قُلْ بِفَضْلِ ٱللَّهِ وَبِرَحْمَتِهِۦ فَبِذَٰلِكَ فَلْيَفْرَحُوا۟ هُوَ خَيْرٌ مِّمَّا يَجْمَعُونَ ﴿٥٨﴾

59. Ntumwa y'Imana! Bwira abahakana bivuye inyuma Qor'ani, uti: "Enda nyabuna, nimumbwire ico mwibaza ku vyerekeye ibibabeshaho[1] mwaremewe n'Imana Allah, maze mukazirura bimwe muri vyo, ibindi mukabiziriza!". Babaze uti: "Burya none, ni Imana Allah Yabarekuriye kuvuga ivyo! Canke murementaniriza Imana Allah ivyo Itigeze Ivuga!".

قُلْ أَرَءَيْتُم مَّآ أَنزَلَ ٱللَّهُ لَكُم مِّن رِّزْقٍ فَجَعَلْتُم مِّنْهُ حَرَامًا وَحَلَٰلًا قُلْ ءَآللَّهُ أَذِنَ لَكُمْ ۖ أَمْ عَلَى ٱللَّهِ تَفْتَرُونَ ﴿٥٩﴾

60. Mbega abarementaniriza Imana Allah ivyo Itigeze Ivuga, bibaza ko Imana Allah Itazobibahanira ku musi w'izuka! Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyenimpano ku bantu[2], ariko rero abenshi muri bo ntibashima impano zayo.

وَمَا ظَنُّ ٱلَّذِينَ يَفْتَرُونَ عَلَى ٱللَّهِ ٱلْكَذِبَ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَذُو فَضْلٍ عَلَى ٱلنَّاسِ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَهُمْ لَا يَشْكُرُونَ ﴿٦٠﴾

[1] Mu bitungwa, ibiterwa n'ibindi vyiza mwaremewe n'Imana Allah.
[2] Mu kutihutira guhana abayibeshera ng'aha kw'isi.

61. Ntumwa y’Imana! Ntivyigera bishika na rimwe ko hagira ico utunganya, ico usoma muri Aayah za Qor’ani, eka nta n’ico mukora mwebwe abantu caba iciza canke ikibi, kiretse ko Twebwe Allah Tuba Turi Icabona, Tubibona neza igihe mutanguye kubikora kugira Tubibungabunge, Tuzonabibahembere; nta n’icinyegeza Imana yawe Rurema Allah mw’isi eka no mw’ijuru nyene, n’aho coba kingana n’akantu inzatsa, eka mbere n’aho coba gito cane canke kinini kuruta inzatsa, kiretse ko canditswe kandi kibungabunzwe ku Mana Allah mu Gitabu gitomora vyose.

وَمَا تَكُونُ فِي شَأۡنٖ وَمَا تَتۡلُواْ مِنۡهُ مِن قُرۡءَانٖ وَلَا تَعۡمَلُونَ مِنۡ عَمَلٍ إِلَّا كُنَّا عَلَيۡكُمۡ شُهُودًا إِذۡ تُفِيضُونَ فِيهِۚ وَمَا يَعۡزُبُ عَن رَّبِّكَ مِن مِّثۡقَالِ ذَرَّةٖ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَلَا فِي ٱلسَّمَآءِ وَلَآ أَصۡغَرَ مِن ذَٰلِكَ وَلَآ أَكۡبَرَ إِلَّا فِي كِتَٰبٖ مُّبِينٍ ٦١

62. Bantu nimwumve mwumvireho! Mu vy’ukuri, abatoni b’Imana Allah, nta bwoba kuri bo bwo guhanwa, eka mbere bobo ntibazokwicwa n’intuntu y’ivyo basize kw’isi;

أَلَآ إِنَّ أَوۡلِيَآءَ ٱللَّهِ لَا خَوۡفٌ عَلَيۡهِمۡ وَلَا هُمۡ يَحۡزَنُونَ ٦٢

63. Abemeye Imana Allah n’Intumwa yayo bakanashira mu ngiro ivyo ibabwirije, bakongera bagatinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo;

ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَكَانُواْ يَتَّقُونَ ٦٣

64. Barafise inkuru nziza iremesha ivuye ku Mana Allah, ko bazororanirwa mu buzima bwo kw’isi[1], n’uko bazohabwa Ubwami bw’ijuru mu buzima bw’inyuma yo gupfa. Nta gihinduka rero mu vyo Imana Allah Yabasezeraniye, iyo ni yo ntsinzi rero ihambaye.

لَهُمُ ٱلۡبُشۡرَىٰ فِي ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَا وَفِي ٱلۡأٓخِرَةِۚ لَا تَبۡدِيلَ لِكَلِمَٰتِ ٱللَّهِۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلۡفَوۡزُ ٱلۡعَظِيمُ ٦٤

65. Ntumwa y’Imana! Ntugatuntuzwe n’ibivugwa n’ababangikanyamana mw'irementanya ryabo, mu vy’ukuri intsinzi y’inganji kw’isi no mw’ijuru, ni iy’Imana Allah, ni na Yo Nyenukwumva, Irumva ivyo bavuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo bakora n’ivyo bazirikana.

وَلَا يَحۡزُنكَ قَوۡلُهُمۡۘ إِنَّ ٱلۡعِزَّةَ لِلَّهِ جَمِيعًاۚ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلۡعَلِيمُ ٦٥

66. Bantu nimwumve mwumvireho! Mu vy’ukuri, ibiremwa vyose[2] biri mu majuru no mw’isi, ni ivy’Imana Allah. Mbega abasenga ibigirwamana mu gishingo c’Imana Allah, bisunga ukuhe kuri! Nta co bakurikira kiretse ivyo bakekeranya ko ari ukuri, nta n’ico bazi kiretse irementanya ry'ibangikanyamana;

أَلَآ إِنَّ لِلَّهِ مَن فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَن فِي ٱلۡأَرۡضِۗ وَمَا يَتَّبِعُ ٱلَّذِينَ يَدۡعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ شُرَكَآءَۚ إِن يَتَّبِعُونَ إِلَّا ٱلظَّنَّ وَإِنۡ هُمۡ إِلَّا يَخۡرُصُونَ ٦٦

67. Ni Yo Yabaremeye ijoro kugira mutururе, muruhuke umuruho wo ku murango; Ibaremera n'umurango kugira mwishire mwizane mu kurondera ikibabeshaho. Mu vy’ukuri, mw’ikurakuranwa ry’ijoro n’umurango mw'ibisikanya ryavyo, ni ukuri harimwo ivyemezo bigaragara vyotuma abantu bumva, bagategera, bakamenya ko hariho Imana Imwe Rudende Ikwiye gusengwa Itabangikanywa.

هُوَ ٱلَّذِي جَعَلَ لَكُمُ ٱلَّيۡلَ لِتَسۡكُنُواْ فِيهِ وَٱلنَّهَارَ مُبۡصِرًاۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَٰتٖ لِّقَوۡمٖ يَسۡمَعُونَ ٦٧

---

[1] Biri mu biremesha abatoni b’Imana Allah kw’isi, kurota canke kuroterwa indoto nziza ziremesha.
[2] Ibiremwa vy’ibinyabuzima; abamalayika, abantu, amajini n’ibindi.

قَالُوا۟ ٱتَّخَذَ ٱللَّهُ وَلَدًا سُبْحَٰنَهُۥ ۖ هُوَ ٱلْغَنِىُّ ۖ لَهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ۚ إِنْ عِندَكُم مِّن سُلْطَٰنٍۭ بِهَٰذَآ ۚ أَتَقُولُونَ عَلَى ٱللَّهِ مَا لَا تَعْلَمُونَ ﴿٦٨﴾

68. Ababangikanyamana bavuze ko Imana Allah Yiyitiriye umwana[1]. Banguha! Imana Allah nininahazwe mu buryo burengeye cane ivyo bayibangikanya, ni Yo Uwikenuye Yikwije muri vyose, ni Yo Nkomoko y'impuhwe ku biremwa, Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'isi n'ibiri hagati yavyo, eka nta n'icemezo mufise ku vyo murementaniriza Imana Allah. Mbega yemwe, karashize ingani muvuge n'ivyo mutazi ku vyerekeye Imana Allah!

قُلْ إِنَّ ٱلَّذِينَ يَفْتَرُونَ عَلَى ٱللَّهِ ٱلْكَذِبَ لَا يُفْلِحُونَ ﴿٦٩﴾

69. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Mu vy'ukuri, abarementaniriza Imana Allah ko ifise umwana bakanayibangikanya, ntibazokwigera bashika ku ntsinzi y'ivyo bipfuza kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa";

مَتَٰعٌ فِى ٱلدُّنْيَا ثُمَّ إِلَيْنَا مَرْجِعُهُمْ ثُمَّ نُذِيقُهُمُ ٱلْعَذَابَ ٱلشَّدِيدَ بِمَا كَانُوا۟ يَكْفُرُونَ ﴿٧٠﴾

70. Bazoryoherwa gusa gato n'iryo rementanya kw'isi; hanyuma impera n'imperuka nibapfa, bazosubizwa iwacu Twebwe Allah, Duheze Tubahonje ibihano bikaze vyo mu muriro wa Jahannamu, bitewe n'ukuntu bagararije.

۞ وَٱتْلُ عَلَيْهِمْ نَبَأَ نُوحٍ ۘ إِذْ قَالَ لِقَوْمِهِۦ يَٰقَوْمِ إِن كَانَ كَبُرَ عَلَيْكُم مَّقَامِى وَتَذْكِيرِى بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ فَعَلَى ٱللَّهِ تَوَكَّلْتُ فَأَجْمِعُوٓا۟ أَمْرَكُمْ وَشُرَكَآءَكُمْ ثُمَّ لَا يَكُنْ أَمْرُكُمْ عَلَيْكُمْ غُمَّةً ثُمَّ ٱقْضُوٓا۟ إِلَىَّ وَلَا تُنظِرُونِ ﴿٧١﴾

71. Ntumwa y'Imana! Cira agace abagarariji b'i Makka ku nkuru ya Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) hamwe n'abantu yarungitsweko, igihe yabwira abantu biwe ati: "Emwe bantu banje! Nimwaba mubangamiwe n'ukuba ndi kumwe na mwe, n'ukubibutsa ivyemezo vy'uko Imana Allah ari Imwe Rudende, nimumenye ko jewe nishimikije Imana Allah nkayizera, enda nyabuna rero, nimugire ico mupfunditse, mwebwe hamwe n'abo mucuditse, kandi ntimubigire mu mpisho ngo mwiyorobeke, muheze rero mumpe igihano mwipfuza, ntimundindirize n'akanya na gato;

فَإِن تَوَلَّيْتُمْ فَمَا سَأَلْتُكُم مِّنْ أَجْرٍ ۖ إِنْ أَجْرِىَ إِلَّا عَلَى ٱللَّهِ ۖ وَأُمِرْتُ أَنْ أَكُونَ مِنَ ٱلْمُسْلِمِينَ ﴿٧٢﴾

72. Nimwaramuka rero mugenjeje umugongo mukirengagiza ivyo ndabararikira, jewe nta mpembo ndabasavye kw'ishikiriza-butumwa ryanje, kanatsinda ni no ku neza yanyu, impembo yanje ndayiziga ku Mana Allah, nategetswe no kuba mu bislamu bicisha bugufi kuri Yo.

فَكَذَّبُوهُ فَنَجَّيْنَٰهُ وَمَن مَّعَهُۥ فِى ٱلْفُلْكِ وَجَعَلْنَٰهُمْ خَلَٰٓئِفَ وَأَغْرَقْنَا ٱلَّذِينَ كَذَّبُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا ۖ فَٱنظُرْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلْمُنذَرِينَ ﴿٧٣﴾

73. Abantu ba Nuhu rero, baramugararije, Turaheza Twebwe Allah Turamurokora we hamwe n'abari kumwe na we mu bwato igihe c'isegenya, ni na bo Twahavuye Dusubiriza abahonejwe, Dushoka Dusomesha nturi abagararije bagahakana bivuye inyuma ivyemezo vyacu. Ntumwa y'Imana! Raba rero ukuntu iherezo ry'abagabishijwe ku bihano vy'Imana Allah ntibumva, ryagenze!

[1] Nk'uko bavuze kandi ko abamalayika ari abakobwa b'Imana Allah, canke ko Masiihi Isa mwene Mariyamu, ari umwana w'Imana Allah.

74. Mu nyuma y'irungikwa rya Nuhu, ni ho Twarungika Intumwa zitandukanye ku bantu bazo[1]. Izo Ntumwa ziraheza ziza zibazaniye ivyemezo vyerekana ko ziri mu kuri, abantu zarungitsweko, ntibigeze bemera ukuri bashikirijwe, ari na kwo kwagararijwe n'abarungikiwe Intumwa aho hambere yabo. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twateye ikimangu c'ubugarariji ku mitima y'ab'aho hambere yabo kubera ubugaba bwabo, ntibashobora kwemera - Dutera ikimangu c'ubugarariji ku mitima y'abarenga imbibe z'Imana Allah z'ibibujijwe.

ثُمَّ بَعَثْنَا مِنۢ بَعْدِهِۦ رُسُلًا إِلَىٰ قَوْمِهِمْ فَجَآءُوهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ فَمَا كَانُوا۟ لِيُؤْمِنُوا۟ بِمَا كَذَّبُوا۟ بِهِۦ مِن قَبْلُ ۚ كَذَٰلِكَ نَطْبَعُ عَلَىٰ قُلُوبِ ٱلْمُعْتَدِينَ ﴿٧٤﴾

75. Mu nyuma y'irungikwa ry'izo Ntumwa, ni ho Twarungika Intumwa Musa na murumunawe Haruna (za nyakugira amahoro y'Imana Allah) kwa Firawuni n'abunganizi biwe, Tuzirungikana ibitangaro vyemeza ko ari Intumwa z'ukuri, maze Firawuni n'abunganizi biwe bagira amanyama n'akantu mu guhonyanga ukuri, vyongeye bari n'abantu b'abanyavyaha barenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

ثُمَّ بَعَثْنَا مِنۢ بَعْدِهِم مُّوسَىٰ وَهَٰرُونَ إِلَىٰ فِرْعَوْنَ وَمَلَإِيْهِۦ بِـَٔايَٰتِنَا فَٱسْتَكْبَرُوا۟ وَكَانُوا۟ قَوْمًا مُّجْرِمِينَ ﴿٧٥﴾

76. Igihe rero bashikirwa n'ibitangaro Twarungikanye Musa, vyemeza ukuri yazanye, bavyamiriye kure bavuga bati: "Mu vy'ukuri, ivyo Musa yerekana, ni uburozi bweruye".

فَلَمَّا جَآءَهُمُ ٱلْحَقُّ مِنْ عِندِنَا قَالُوٓا۟ إِنَّ هَٰذَا لَسِحْرٌ مُّبِينٌ ﴿٧٦﴾

77. Maze Musa arumirwa abishura ati: "N'aho nakagendeye! Karashize ingani muvuge ko n'ibitangaro nabazaniye vyemeza ukuri, ari uburozi bweruye! Ubwo mwihweje neza, ntimubona ibitangaro nabazaniye ko ari ivy'ukuri! Burya abarozi ntibigera bashika ku ntsinzi y'ivyo bipfuza kw'isi eka no mu buzima bw'inyuma yo gupfa".

قَالَ مُوسَىٰٓ أَتَقُولُونَ لِلْحَقِّ لَمَّا جَآءَكُمْ ۖ أَسِحْرٌ هَٰذَا وَلَا يُفْلِحُ ٱلسَّٰحِرُونَ ﴿٧٧﴾

78. Firawuni n'abunganizi biwe bavuze babwira Musa bati: "Karashize ingani uze kudukura mu kwemera kwacu kwo gusenga ibigirwamana, twasanze abavyeyi bacu basenga, uheze wewe na murumunawe Haruna muce muba ibihangange ku butaka bwa Misiri! Ihibambewe, ntiturota tubemera namba!".

قَالُوٓا۟ أَجِئْتَنَا لِتَلْفِتَنَا عَمَّا وَجَدْنَا عَلَيْهِ ءَابَآءَنَا وَتَكُونَ لَكُمَا ٱلْكِبْرِيَآءُ فِى ٱلْأَرْضِ وَمَا نَحْنُ لَكُمَا بِمُؤْمِنِينَ ﴿٧٨﴾

79. Firawuni yashotse avuga ati: "Enda nyabuna rero, nimunzanire umukonikoni uwo ari we wese karuhariwe".

وَقَالَ فِرْعَوْنُ ٱئْتُونِى بِكُلِّ سَٰحِرٍ عَلِيمٍ ﴿٧٩﴾

80. Nya bakonikoni ba Firawuni bamaze kuza, Musa yababwiye ati: "Enda nyabuna rero, nimuterere hasi imizana n'inkoni vyanyu".

فَلَمَّا جَآءَ ٱلسَّحَرَةُ قَالَ لَهُم مُّوسَىٰٓ أَلْقُوا۟ مَآ أَنتُم مُّلْقُونَ ﴿٨٠﴾

81. Ba bakonikoni bamaze guterera hasi nya mizana n'inkoni vyabo, Musa yababwiye ati: "Ivyo mwazanye mugaterera hasi, ni ubukonikoni bwigendera! Mu vy'ukuri Imana Allah, Irabuzimanganya; mu vy'ukuri Imana Allah, ntitunganya namba ibikorwa vy'abagenzwa n'ubwononyi kw'isi;

فَلَمَّآ أَلْقَوْا۟ قَالَ مُوسَىٰ مَا جِئْتُم بِهِ ٱلسِّحْرُ ۖ إِنَّ ٱللَّهَ سَيُبْطِلُهُۥٓ ۖ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُصْلِحُ عَمَلَ ٱلْمُفْسِدِينَ ﴿٨١﴾

[1] Huudi, Swalehe, Ibrahimu, Luutwi na Shu'ayibu, n'izindi.

82. Imana Allah Iranatsimbataza ukuri kw'amajambo yayo, maze ikinyoma kigakubitirwa ahabona n'aho vyoshavuza abanyavyaha barenga ku mabwirizwa yayo".

وَيُحِقُّ ٱللَّهُ ٱلْحَقَّ بِكَلِمَٰتِهِۦ وَلَوْ كَرِهَ ٱلْمُجْرِمُونَ ﴿٨٢﴾

83. Hamwe n'ivyo bitangaro vyose rero, Musa nta wamwemeye mu bantu biwe ku gutinya ibihano vya Firawuni n'abunganizi biwe, kiretse abantu bari ku rushi bari muri Bene Israyeli. Mu vy'ukuri, Firawuni yarimonogoje mu bwishime kw'isi; mu vy'ukuri, yari no mu bimonogoje mu bugarariji.

فَمَآ ءَامَنَ لِمُوسَىٰٓ إِلَّا ذُرِّيَّةٌ مِّن قَوْمِهِۦ عَلَىٰ خَوْفٍ مِّن فِرْعَوْنَ وَمَلَإِيْهِمْ أَن يَفْتِنَهُمْ ۚ وَإِنَّ فِرْعَوْنَ لَعَالٍ فِى ٱلْأَرْضِ وَإِنَّهُۥ لَمِنَ ٱلْمُسْرِفِينَ ﴿٨٣﴾

84. Musa yabwiye abantu biwe ati: "Bantu banje! Nimwaba mwemera Imana Imwe Rudende Allah mukubahiriza n'amabwirizwa yayo, enda nyabuna rero, nimuyizere nimwaba mwicisha bugufi kuri Yo".

وَقَالَ مُوسَىٰ يَٰقَوْمِ إِن كُنتُمْ ءَامَنتُم بِٱللَّهِ فَعَلَيْهِ تَوَكَّلُوٓاْ إِن كُنتُم مُّسْلِمِينَ ﴿٨٤﴾

85. Abantu ba Musa baciye bamwishura bavuga bati: "Twaramaze kwizera Imana Imwe Rudende Allah. Mana yacu Nzima! Ntutugire imvo y'igeragezwa mw'idini ku bantu birenganya mu kurenga ku mabwirizwa yawe[1];

فَقَالُواْ عَلَى ٱللَّهِ تَوَكَّلْنَا رَبَّنَا لَا تَجْعَلْنَا فِتْنَةً لِّلْقَوْمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٨٥﴾

86. Dukingire ku mpuhwe zawe, ihohotera n'agacinyizo k'abantu b'abagarariji".

وَنَجِّنَا بِرَحْمَتِكَ مِنَ ٱلْقَوْمِ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٨٦﴾

87. Twaranahishuriye Musa na murumunawe Haruna Duti: "Nimufate muronderere abantu banyu amazu muri Misiri bahungiramwo ihohotera n'agacinyizo ka Firawuni, muheze mugire nya mazu ihuriro ryanyu, mwongere mutsimbataze isengesho ku mwanya waryo. Musa! Uranashikiriza kandi abemeramana inkuru nziza ihumuriza y'intsinzi n'indishi ihambaye".

وَأَوْحَيْنَآ إِلَىٰ مُوسَىٰ وَأَخِيهِ أَن تَبَوَّءَا لِقَوْمِكُمَا بِمِصْرَ بُيُوتًا وَٱجْعَلُواْ بُيُوتَكُمْ قِبْلَةً وَأَقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ ۗ وَبَشِّرِ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٨٧﴾

88. Musa yahavuye atakambira Imana Allah avuga ati: "Mana yacu Rurema Allah! Mu vy'ukuri, Wewe Wahaye Firawuni n'abunganizi biwe ibiryohera amaso mu buzima bwo kw'isi, ha kugushimira, babikoresheje mu guhubisha abantu inzira yawe. Mana yacu Rurema Allah! Honya amatungo yabo ntihagire ico azobamarira, Wongere Utere ikimangu ku mitima yabo, ntibazokwemere gushika bibonereko ibihano bibababaza".

وَقَالَ مُوسَىٰ رَبَّنَآ إِنَّكَ ءَاتَيْتَ فِرْعَوْنَ وَمَلَأَهُۥ زِينَةً وَأَمْوَٰلًا فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا رَبَّنَا لِيُضِلُّواْ عَن سَبِيلِكَ ۖ رَبَّنَا ٱطْمِسْ عَلَىٰٓ أَمْوَٰلِهِمْ وَٱشْدُدْ عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ فَلَا يُؤْمِنُواْ حَتَّىٰ يَرَوُاْ ٱلْعَذَابَ ٱلْأَلِيمَ ﴿٨٨﴾

89. Imana Allah Yishuye Musa na Haruna Iti: "Ni ukuri, igisabisho canyu[2] kuri Firawuni, camaze kwemerwa. Kubera ivyo rero, nimuhagararire idini ryanyu bikwiye, mubandanye kurarikira Firawuni n'abunganizi biwe, ukwemera Imana Imwe Rudende Allah; ntimugakurikire namba inzira y'abadatahura ukuri kw'isezerano ryanje".

قَالَ قَدْ أُجِيبَت دَّعْوَتُكُمَا فَٱسْتَقِيمَا وَلَا تَتَّبِعَآنِّ سَبِيلَ ٱلَّذِينَ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٨٩﴾

[1] Mu gushoboza abagarariji kutunesha bagashoka bavuga ngo iyo idini ryabo riba iry'ukuri, ntibari kuneshwa.

[2] Musa ni we yasaba, hanyuma Haruna na we akitabira "Aamiin".

90. Twaranajabukije Bene Israyeli ibahari, maze Firawuni n'abunganizi biwe baraheza barabakurikira kubera akarenganyo n'urwanko babafitiye; Firawuni atanguye gusoma nturi, ni ho yavuga ati: "Nemeye ko ata mana kiretse Imana Yemewe na Bene Israyeli, kandi nanje ndi mu bislamu bicisha bugufi, basenga Imana Imwe Rudende batayibangikanya".

۞وَجَٰوَزۡنَا بِبَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ ٱلۡبَحۡرَ فَأَتۡبَعَهُمۡ فِرۡعَوۡنُ وَجُنُودُهُۥ بَغۡيٗا وَعَدۡوًاۖ حَتَّىٰٓ إِذَآ أَدۡرَكَهُ ٱلۡغَرَقُ قَالَ ءَامَنتُ أَنَّهُۥ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا ٱلَّذِيٓ ءَامَنَتۡ بِهِۦ بَنُوٓاْ إِسۡرَٰٓءِيلَ وَأَنَا۠ مِنَ ٱلۡمُسۡلِمِينَ ٩٠

91. Ewe Firawuni! Ubu uri ku mpfiro, ni ho wemanga ko Imana ari Imwe Rudende, kandi wahora uyigarariza imbere yuko usoma nturi, wari no mu bononyi baca kubiri n'amabwirizwa yayo!

ءَآلۡـَٰٔنَ وَقَدۡ عَصَيۡتَ قَبۡلُ وَكُنتَ مِنَ ٱلۡمُفۡسِدِينَ ٩١

92. Uno musi rero, Turarokora ikiziga n'ibihimba vyawe kugira abohakana ko atari wewe wasomeshejwe nturi, bakwibonere ukuri kwamye, uheze ubere inkebuzo abazoza mu nyuma. Mu vy'ukuri, abenshi mu bantu baragotwa bakirengagiza ivyemezo vyacu.

فَٱلۡيَوۡمَ نُنَجِّيكَ بِبَدَنِكَ لِتَكُونَ لِمَنۡ خَلۡفَكَ ءَايَةٗۚ وَإِنَّ كَثِيرٗا مِّنَ ٱلنَّاسِ عَنۡ ءَايَٰتِنَا لَغَٰفِلُونَ ٩٢

93. Ni ukuri, Bene Israyeli Twarabahaye uburaro n'uburamuko mu bihugu vya Shaamu na Misiri, Turanabaronsa ivyiza bibaryohera, bitazira; ntibigeze bacanamwo mw'idini, kiretse inyuma y'aho bashikiriwe n'ubumenyi bubasaba gushira hamwe, gufatana mu nda hamwe rero no kukwemera[1]. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, Imana yawe Rurema Allah ku musi w'izuka, Izobacira urutunganye, Iheze Igaragaze ukuri n'ikinyoma ku vyo bahazanako kuri wewe.

وَلَقَدۡ بَوَّأۡنَا بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ مُبَوَّأَ صِدۡقٖ وَرَزَقۡنَٰهُم مِّنَ ٱلطَّيِّبَٰتِ فَمَا ٱخۡتَلَفُواْ حَتَّىٰ جَآءَهُمُ ٱلۡعِلۡمُۚ إِنَّ رَبَّكَ يَقۡضِي بَيۡنَهُمۡ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ فِيمَا كَانُواْ فِيهِ يَخۡتَلِفُونَ ٩٣

94. Ntumwa y'Imana! Uramutse ugize amakenga ku kuri kuri mu vyo Twakumanuriye, uraheza ubaze abasoma Tawurati n'Injili mu bahawe Igitabu aho hambere yawe, kugira ngo bemange ko ari ivy'ukuri. Ni ukuri, warashikiriwe n'ukuri kuvuye ku Mana yawe Rurema Allah ko wewe uri Intumwa yayo nk'uko biri muri Tawurati n'Injili. Ntumwa y'Imana! Ntukabe rero mu bakekeranya ko uri Intumwa vy'ukuri[2];

فَإِن كُنتَ فِي شَكّٖ مِّمَّآ أَنزَلۡنَآ إِلَيۡكَ فَسۡـَٔلِ ٱلَّذِينَ يَقۡرَءُونَ ٱلۡكِتَٰبَ مِن قَبۡلِكَۚ لَقَدۡ جَآءَكَ ٱلۡحَقُّ مِن رَّبِّكَ فَلَا تَكُونَنَّ مِنَ ٱلۡمُمۡتَرِينَ ٩٤

95. Ntukabe no mu bahinyuza bagahakana bivuye inyuma ivyemezo vy'Imana Allah, wohava uba mu bahomvye ubuzima bwabo.

وَلَا تَكُونَنَّ مِنَ ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ فَتَكُونَ مِنَ ٱلۡخَٰسِرِينَ ٩٥

96. Mu vy'ukuri, abo ijambo ry'Imana yawe Rurema Allah ryo kuvuma no guhana ryagiriye, ntibemera ivyemezo vyayo, eka ntibanayemera ngo bubahirize amabwirizwa yayo;

إِنَّ ٱلَّذِينَ حَقَّتۡ عَلَيۡهِمۡ كَلِمَتُ رَبِّكَ لَا يُؤۡمِنُونَ ٩٦

---

[1] Nko kumenya ivyerekana umuzo w'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bivugwa muri Tawurati, n'aho bahavuye bayihakana.

[2] Iyi Aayah, yerekana ko ababangikanyamana ata citwazo bafise co kutemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kuko n'abahawe Igitabu mu bayahudi n'abanaswara barazi neza ko n'aho bayigarariza, ari Intumwa y'Imana vy'ukuri.

97. N'iyo bashikiriwe n'inkebuzo, gushika n'aho bashikirwa n'ibihano bibabaza bakabibona ukuri kwamye, ico gihe bazoheza bakwemere, kandi ukwemera kwabo muri ico gihe, ata co kuzobamarira.

وَلَوْ جَآءَتْهُمْ كُلُّ ءَايَةٍ حَتَّىٰ يَرَوُا۟ ٱلْعَذَابَ ٱلْأَلِيمَ ﴿٩٧﴾

98. Nta banyagacimbiri bigeze bemera mu gihe bagiriwe n'ibihano, maze ukwemera kwabo kukagira ico kubamariye, kiretse abantu barungikiwe Intumwa Yunusu mwene Mattaa (nyakugira amahoro y'Imana Allah); igihe babona ko bagiye guhanwa, barigaye ku Mana Allah, baraheza barayemera, ni ho rero Twebwe Allah Twaca Tubakurako ibihano bisuzuguza vyari bigiye kubashikira, Turaheza Tubaha kuryoherwa gato n'ubuzima bwo kw'isi gushika ku musi wa rwo.

فَلَوْلَا كَانَتْ قَرْيَةٌ ءَامَنَتْ فَنَفَعَهَآ إِيمَٰنُهَآ إِلَّا قَوْمَ يُونُسَ لَمَّآ ءَامَنُوا۟ كَشَفْنَا عَنْهُمْ عَذَابَ ٱلْخِزْىِ فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا وَمَتَّعْنَٰهُمْ إِلَىٰ حِينٍ ﴿٩٨﴾

99. Ntumwa y'Imana! Iyo Imana yawe Rurema Allah Ishaka ko abari kw'isi bemera bose, nta cari kubuza ko bose bemera ukuri wabazaniye. Wewe rero ntushobora namba guhatira abantu ku kwemera[1]!

وَلَوْ شَآءَ رَبُّكَ لَءَامَنَ مَن فِى ٱلْأَرْضِ كُلُّهُمْ جَمِيعًا ۚ أَفَأَنتَ تُكْرِهُ ٱلنَّاسَ حَتَّىٰ يَكُونُوا۟ مُؤْمِنِينَ ﴿٩٩﴾

100. Kira noneho rero, nta muntu n'umwe ashobora kwemera Imana Allah, kiretse ku gushobozwa na Yo ku burenganzira bwayo. Burya Imana Allah, Iha ibihano abantu badatahura amabwirizwa yayo, ntibananyurwe n'ivyemezo vyayo.

وَمَا كَانَ لِنَفْسٍ أَن تُؤْمِنَ إِلَّا بِإِذْنِ ٱللَّهِ ۚ وَيَجْعَلُ ٱلرِّجْسَ عَلَى ٱلَّذِينَ لَا يَعْقِلُونَ ﴿١٠٠﴾

101. Ntumwa y'Imana! Bwira abantu bawe warungitsweko uti: "Enda nyabuna, nimurabe maze munyurwe n'ivyemezo bigaragara biri mu majuru no mw'isi". Ariko rero ivyemezo n'igabisha ku bihano vy'Imana Allah, nta co vyungura abantu batavyemera.

قُلِ ٱنظُرُوا۟ مَاذَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ وَمَا تُغْنِى ٱلْـَٔايَٰتُ وَٱلنُّذُرُ عَن قَوْمٍ لَّا يُؤْمِنُونَ ﴿١٠١﴾

102. Mbega barindiriye iki kugira bemere, kiretse umusi babonye ibihano bigiye kubashikira; nk'uko vyashikiye ababayeho aho hambere yabo! Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Nimurindire rero ingingo y'Imana Allah ku bigaba, nanje mu vy'ukuri ndarindiriye hamwe na mwe".

فَهَلْ يَنتَظِرُونَ إِلَّا مِثْلَ أَيَّامِ ٱلَّذِينَ خَلَوْا۟ مِن قَبْلِهِمْ ۚ قُلْ فَٱنتَظِرُوٓا۟ إِنِّى مَعَكُم مِّنَ ٱلْمُنتَظِرِينَ ﴿١٠٢﴾

103. Hanyuma Twebwe Allah Tuzoheza Turokore Intumwa zacu n'abemeramana bari kumwe na zo. Ni nk'uko nyene rero - Twabarokoye - Dutegerezwa kukurokora na we Ntumwa y'Imana hamwe n'abemeramana muri kumwe.

ثُمَّ نُنَجِّى رُسُلَنَا وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ كَذَٰلِكَ ۚ حَقًّا عَلَيْنَا نُنجِ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٠٣﴾

104. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Emwe bantu! Nimwaba mufise amakenga kw'idini ryanje ry'ubwislamu ndabararikira kwinjira, nimumenye ko jewe ntasenga namba mu gishingo c'Imana Allah, ivyo musenga mu bigirwamana, ahubwo nsenga Imana Allah Ishoboye

قُلْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ إِن كُنتُمْ فِى شَكٍّ مِّن دِينِى فَلَآ أَعْبُدُ ٱلَّذِينَ تَعْبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَلَٰكِنْ أَعْبُدُ ٱللَّهَ ٱلَّذِى يَتَوَفَّىٰكُمْ ۖ وَأُمِرْتُ أَنْ أَكُونَ مِنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٠٤﴾

[1] Kuko Imana Allah Irongora mu nzira yayo uwo Ishatse mu gihe agamburutse, Igahubisha uwo Ishatse mu gihe abaye intumva.

kubaka ubuzima mugapfa, naranategetswe kuba mu bemeramana bubahiriza amabwirizwa yayo".

105. Ntumwa y'Imana! Tumbera uheze ushishikare wewe hamwe n'abagukurikiye mu kwubahiriza idini ry'ubwislamu rishingiye ku kwemera Imana Imwe Rudende Allah, kandi ntukabe namba mu babangikanyamana;

وَأَنْ أَقِمْ وَجْهَكَ لِلدِّينِ حَنِيفًا وَلَا تَكُونَنَّ مِنَ ٱلْمُشْرِكِينَ ﴿١٠٥﴾

106. Kandi ntugasabe mu gusenga ikitari Imana Allah, ata na kimwe cokumarira mu gihe wogisaba, eka ata n'ico cokwicira mu gihe woreka kugisaba. Mu gihe rero, woramuka ugisavye, woca uba mu babangikanyamana birenganije mw'ibangikanyamana[1];

وَلَا تَدْعُ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَا لَا يَنفَعُكَ وَلَا يَضُرُّكَ ۖ فَإِن فَعَلْتَ فَإِنَّكَ إِذًا مِّنَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٠٦﴾

107. Imana Allah mu gihe Yogutera ivyago, nta n'umwe yobigukuramwo kiretse Yo Yonyene; hamwe naho Yoguha kuroranirwa mu buzima, nta n'umwe yobuza ko uroranirwa. Burya Imana Allah, Itera ivyago canke Igaha kuroranirwa uwo Ishatse mu biremwa vyayo; ni na Yo Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِن يَمْسَسْكَ ٱللَّهُ بِضُرٍّ فَلَا كَاشِفَ لَهُۥٓ إِلَّا هُوَ ۖ وَإِن يُرِدْكَ بِخَيْرٍ فَلَا رَآدَّ لِفَضْلِهِۦ ۚ يُصِيبُ بِهِۦ مَن يَشَآءُ مِنْ عِبَادِهِۦ ۚ وَهُوَ ٱلْغَفُورُ ٱلرَّحِيمُ ﴿١٠٧﴾

108. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Emwe bantu! Mwaramaze gushikirwa n'Intumwa ibazaniye Qor'ani ivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, irimwo uburongozi; uwuzotumbera rero inzira igororotse, ni we nyene bizogirira akamaro; uwuzohuba iyo nzira na we, akaba intumva, ni we nyene bizogirira inkurikizi mbi. Kira noneho, nanje sinshinzwe kubahatira kwemera, ahubwo nshinzwe gusa kubashikiriza ubutumwa butomoye".

قُلْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ قَدْ جَآءَكُمُ ٱلْحَقُّ مِن رَّبِّكُمْ ۖ فَمَنِ ٱهْتَدَىٰ فَإِنَّمَا يَهْتَدِى لِنَفْسِهِۦ ۖ وَمَن ضَلَّ فَإِنَّمَا يَضِلُّ عَلَيْهَا ۖ وَمَآ أَنَا۠ عَلَيْكُم بِوَكِيلٍ ﴿١٠٨﴾

109. Ntumwa y'Imana! Kurikira unagendere ivyo wahishuriwe n'Imana Allah, maze wihanganire iyumviramana n'ibigushikira mw'ishikiriza-butumwa ryawe, gushika Imana Allah Izobacire urutunganye. Ni na Yo rero Mwiza w'abacamanza batunganiriza ibiremwa.

وَٱتَّبِعْ مَا يُوحَىٰٓ إِلَيْكَ وَٱصْبِرْ حَتَّىٰ يَحْكُمَ ٱللَّهُ ۚ وَهُوَ خَيْرُ ٱلْحَٰكِمِينَ ﴿١٠٩﴾

11. Huud (Intumwa Huudi)
Aayah 123, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Alif Laam Raa[2]. Iki Gitabu, Imana Allah Yamanuriye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Aayah zaco zaratunganijwe neza mu mpinyanyuro, hanyuma ziratomorwa neza mu vyerekeye

الٓرۚ كِتَٰبٌ أُحْكِمَتْ ءَايَٰتُهُۥ ثُمَّ فُصِّلَتْ مِن لَّدُنْ حَكِيمٍ خَبِيرٍ ﴿١﴾

[1] Ingingo iri muri iyi Aayah, n'aho itumberejwe ku Ntumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ariko ishirwa mu ngiro ryayo, ryerekeye abislamu bose muri rusangi.
[2] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

amabwirizwa avuye ku Mana Allah, Intungane mu vyo Ikora, Muhetuziwavyose;

2. Kugira ntimwiyegereze mu vyo mukora vyose munasenga, kiretse Imana Imwe Rudende Allah, mutayibangikanya. Mu vy'ukuri, jewe Muhamadi ndi Umugabisha gusa ku bihano vyayo, nkongera nkashikiriza inkuru ihumuriza abemeramana ku ndishi zayo;

أَلَّا تَعۡبُدُوٓاْ إِلَّا ٱللَّهَۚ إِنَّنِي لَكُم مِّنۡهُ نَذِيرٞ وَبَشِيرٞ ٢

3. Muraheza rero musabe Imana yanyu Rurema Allah, kugumirizwa akabanga ku vyaha vyanyu, ntibibahanire; hanyuma mugaruke kuri Yo mwigaye, Iheze Ibahe kuryoherwa mu buzima bwo kw'isi gushika umusi warwo, Iheze Ihe n'indishi itagabanije uwo wese yahawe impano y'ubumenyi akanabugendera. Nimwagenza umugongo naho mukirengagiza ubutumwa bwanje, muramenya ko mu vy'ukuri, jewe ntinya ko mwoshikirwa n'ibihano vy'umusi uhambaye w'izuka[1].

وَأَنِ ٱسۡتَغۡفِرُواْ رَبَّكُمۡ ثُمَّ تُوبُوٓاْ إِلَيۡهِ يُمَتِّعۡكُم مَّتَٰعًا حَسَنًا إِلَىٰٓ أَجَلٖ مُّسَمّٗى وَيُؤۡتِ كُلَّ ذِي فَضۡلٖ فَضۡلَهُۥۖ وَإِن تَوَلَّوۡاْ فَإِنِّيٓ أَخَافُ عَلَيۡكُمۡ عَذَابَ يَوۡمٖ كَبِيرٍ ٣

4. Impera n'imperuka, iherezo ryanyu mwese ni ku Mana Allah, ni na Yo Mushoboravyose, Irashoboye kubazura inyuma yo gupfa Ikabasubiza ubuzima, Ikanabahembera ivyo mwakoze.

إِلَى ٱللَّهِ مَرۡجِعُكُمۡۖ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٌ ٤

5. Bantu nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, ababangikanyamana bahisha ubugarariji mu mishaha yabo, bibaza ko bohisha Imana Allah nya bugarariji bwabo. Mbega ntibazi ko n'igihe bambaye bakikwiza, Imana Allah Izi neza ivyo bahisha n'ivyo bagaragaza! Mu vy'ukuri, ni Yo Izi ibihishijwe mu mishaha.

أَلَآ إِنَّهُمۡ يَثۡنُونَ صُدُورَهُمۡ لِيَسۡتَخۡفُواْ مِنۡهُۚ أَلَا حِينَ يَسۡتَغۡشُونَ ثِيَابَهُمۡ يَعۡلَمُ مَا يُسِرُّونَ وَمَا يُعۡلِنُونَۚ إِنَّهُۥ عَلِيمُۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ٥

6. Nta kiremwa na kimwe kigendagenda kw'isi, kiretse ko Imana Allah Yakigeneye ibikibeshaho, Irazi n'aho gifise icumbi mu buzima bwo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Irazi n'ahantu kizopfira, ivyo vyose kandi biranditswe ku Mana Allah mu Gitabu gitomora vyose.

۞وَمَا مِن دَآبَّةٖ فِي ٱلۡأَرۡضِ إِلَّا عَلَى ٱللَّهِ رِزۡقُهَا وَيَعۡلَمُ مُسۡتَقَرَّهَا وَمُسۡتَوۡدَعَهَاۚ كُلّٞ فِي كِتَٰبٖ مُّبِينٖ ٦

7. Ni Yo Yaremye amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo mu misi itandatu. Imbere y'aho, Ubuhangamo bwayo bukaba bwari hejuru y'amazi. Ivyo rero, Imana Allah Yabigize kugira Ibageregeze, haheze hamenyekane uwukora ivyiza[2] ku bwayo kurusha abandi. Ntumwa y'Imana! Niwabwira abantu bawe warungitsweko uti: "Mu vy'ukuri, mwebwe muzozurwa musubizwe ubuzima inyuma yo gupfa", ni ukuri abagarariji bazokwihutira guhakana bivuye inyuma, bavuge bati: "Iyi Qor'ani, si ikindi kiretse ko ari uburozi bweruye!".

وَهُوَ ٱلَّذِي خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ فِي سِتَّةِ أَيَّامٖ وَكَانَ عَرۡشُهُۥ عَلَى ٱلۡمَآءِ لِيَبۡلُوَكُمۡ أَيُّكُمۡ أَحۡسَنُ عَمَلٗاۗ وَلَئِن قُلۡتَ إِنَّكُم مَّبۡعُوثُونَ مِنۢ بَعۡدِ ٱلۡمَوۡتِ لَيَقُولَنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓاْ إِنۡ هَٰذَآ إِلَّا سِحۡرٞ مُّبِينٞ ٧

[1] Iyi Aayah, igabisha uwo wese agenza umugongo mu guhakana Intumwa, akanirengagiza amabwirizwa y'Imana Allah.

[1] Ibikorwa vyiza, ni ivyo vyose bikorwa ku bw'Imana Allah, bikisunga inyigisho z'intumwa.

8. Nitwatenyenya kw'ihanwa ry'ababangikanyamana gushika kw'isango rizwi, bazovuga batebura bati: "None, ni igiki gituma tudahanirwa ihakana ryacu nimba ivyo bihano biriho koko!". Bantu nimwumve mwumvireho! Umusi bashikiwe n'ivyo bihano, nta n'umwe azobihagarika canke ngo abibakureko; nya bihano bahora bateburako imbere yuko bishika, bizobugariza ku mpande zose.

وَلَئِنْ أَخَّرْنَا عَنْهُمُ ٱلْعَذَابَ إِلَىٰٓ أُمَّةٍ مَّعْدُودَةٍ لَّيَقُولُنَّ مَا يَحْبِسُهُۥٓ ۗ أَلَا يَوْمَ يَأْتِيهِمْ لَيْسَ مَصْرُوفًا عَنْهُمْ وَحَاقَ بِهِم مَّا كَانُوا۟ بِهِۦ يَسْتَهْزِءُونَ ﴿٨﴾

9. Iyo Duhonjeje umuntu ku mpuhwe zacu inema yo kuroranirwa, akagira amagara n'umutekano, n'ibindi nk'ivyo, bwaca Tukamwaka nya nema, araheza agaca acika intege akarangwa n'umwiheburo atwihakana ku nema Twamuhaye.

وَلَئِنْ أَذَقْنَا ٱلْإِنسَٰنَ مِنَّا رَحْمَةً ثُمَّ نَزَعْنَٰهَا مِنْهُ إِنَّهُۥ لَيَـُٔوسٌ كَفُورٌ ﴿٩﴾

10. Iyo naho Tumuhonjeje inema y'ibimubeshaho, akikenura inyuma y'amagorwa yamukozeko, aca avuga yigamba ati: "Amagorwa n'ivyago ndabisezeye pe!". Mu vy'ukuri, kiremwa-muntu arakunda kwishimira inema, akarenza n'urugero mu kwirata ku bandi.

وَلَئِنْ أَذَقْنَٰهُ نَعْمَآءَ بَعْدَ ضَرَّآءَ مَسَّتْهُ لَيَقُولَنَّ ذَهَبَ ٱلسَّيِّـَٔاتُ عَنِّىٓ ۚ إِنَّهُۥ لَفَرِحٌ فَخُورٌ ﴿١٠﴾

11. Ariko abihangana ku bw'Imana Allah mu gihe bashikiwe n'ivyago, bakanakora n'ivyiza bitegetswe ku gushima inema zayo, abo ni bo rero bazogumirizwa akabanga ku vyaha vyabo ntibabihanirwe, bazoronka n'impano nta ngere kandi zamaho mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

إِلَّا ٱلَّذِينَ صَبَرُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ أُو۟لَٰٓئِكَ لَهُم مَّغْفِرَةٌ وَأَجْرٌ كَبِيرٌ ﴿١١﴾

12. Ntumwa y'Imana! Ku kubera igarariza n'ihakana ry'ababangikanyamana, hari n'aho kumbure vyotuma uhesha kubashikiriza bimwe mu vyo wahishuriwe ukanategekwa kubishikiriza, gutyo ugatuntuzwa n'ukuba batipfuza kuvyumva, maze ukanatinya ko bohava bagusaba amananiza; nko kuvuga bati: "Ntiyari gutuma amanurirwa amatungo menshi ngo tumwemere, canke akazanana n'umumalayika yemeza ubutumwa bwiwe!". Ntumwa y'Imana! Bashikirize rero ata guhigimanga ivyo Jewe Allah Naguhishuriye. Ni ukuri, nta kindi ujejwe kuba kiretse ko uri Umugabisha ku bihano vyanje. Burya Imana Allah ni Yo Muhagarikizi w'ibintu vyose.

فَلَعَلَّكَ تَارِكٌۢ بَعْضَ مَا يُوحَىٰٓ إِلَيْكَ وَضَآئِقٌۢ بِهِۦ صَدْرُكَ أَن يَقُولُوا۟ لَوْلَآ أُنزِلَ عَلَيْهِ كَنزٌ أَوْ جَآءَ مَعَهُۥ مَلَكٌ ۚ إِنَّمَآ أَنتَ نَذِيرٌ ۚ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ وَكِيلٌ ﴿١٢﴾

13. Ntumwa y'Imana! Ahubwo rero ababangikanyamana bavuga ko Muhamadi yarementanije Qor'ani! Bishure uti: "Nivyaba biri nk'uko mubivuga, enda rero nimuzane ibisomwa cumi birementanije nka Qor'ani nk'uko mubivuga, munararikire n'abo mushoboye hatarimwo Imana Allah, mu bantu no mu majini kugira babafashe nimwaba koko muri imvugakuri ko Qor'ani ari irementanya".

أَمْ يَقُولُونَ ٱفْتَرَىٰهُ ۖ قُلْ فَأْتُوا۟ بِعَشْرِ سُوَرٍ مِّثْلِهِۦ مُفْتَرَيَٰتٍ وَٱدْعُوا۟ مَنِ ٱسْتَطَعْتُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿١٣﴾

14. Ntumwa y'Imana! Abo babangikanyamana nivyabananira bakanareka kubumvira mu vyo mubararikiramwo wewe n'abemeramana, muramenya rero ko Qor'ani yamanuwe n'Imana Allah ku bumenyi bwayo, mumenye kandi ko ata mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Yo. Mbega none, inyuma y'ivyo vyose ntimwoshishikara muri abislamu bicisha bugufi ku Mana Allah!

فَإِلَّمْ يَسْتَجِيبُواْ لَكُمْ فَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّمَآ أُنزِلَ بِعِلْمِ ٱللَّهِ وَأَن لَّآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَۖ فَهَلْ أَنتُم مُّسْلِمُونَ ﴿١٤﴾

15. Muri mwebwe rero, abakora ku kurondera ubuzima bw'isi n'ibihendamaso vyayo, Tuzobahembera ibikorwa vyabo mu buzima bwo kw'isi nyene ata kigabanijweko;

مَن كَانَ يُرِيدُ ٱلْحَيَوٰةَ ٱلدُّنْيَا وَزِينَتَهَا نُوَفِّ إِلَيْهِمْ أَعْمَٰلَهُمْ فِيهَا وَهُمْ فِيهَا لَا يُبْخَسُونَ ﴿١٥﴾

16. Abo ni bo rero ata co bategekanirijwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kiretse umuriro wa Jahannamu; ivyo bakoze kw'isi bizobabera impfagusa, ntibizokwemerwa namba kuko bitakozwe ku bw'Imana Allah.

أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ لَيْسَ لَهُمْ فِى ٱلْءَاخِرَةِ إِلَّا ٱلنَّارُۖ وَحَبِطَ مَا صَنَعُواْ فِيهَا وَبَٰطِلٌ مَّا كَانُواْ يَعْمَلُونَ ﴿١٦﴾

17. Mbega burya, uwemera Imana Allah, yofatwa co kimwe gute n'uwitwararika gusa ubuzima bw'isi n'ibihendamaso vyayo, mu gihe umwemeramana akora yisunze icemezo c'ukuri kivuye ku Mana yiwe Rurema Allah, akanararikira abandi kwemera yisunze icemezo cahishuwe muri Qor'ani, maze nya cemezo kigaherekezwa n'ikindi cemezo[1] cerekana ko Qor'ani, iva ku Mana Allah, hakaba rero n'ikindi cemezo ca Tawurati yamanuriwe Musa imbere y'ihishurwa rya Qor'ani, kugira ibere abayemeye uburongozi n'impuhwe! Abo bemera muri ubwo buryo rero, ni bo bemera koko Qor'ani bakanubahiriza n'amabwirizwa yayo. Uwugararije Qor'ani mu migwi yiyunze mu kurwaniriza hamwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), amenye ko isango ry'ibihano vyiwe ari mu muriro, ata gisivya. Ntumwa y'Imana! Ntukagire amakenga rero ko Qor'ani iva ku Mana Allah, uheze umenye ko idini ry'ubwislamu ari kwo kuri kuvuye ku Mana yawe Rurema Allah, ariko rero abenshi mu bantu ntibemera ngo bubahirize ivyo bategetswe.

أَفَمَن كَانَ عَلَىٰ بَيِّنَةٍ مِّن رَّبِّهِۦ وَيَتْلُوهُ شَاهِدٌ مِّنْهُ وَمِن قَبْلِهِۦ كِتَٰبُ مُوسَىٰٓ إِمَامًا وَرَحْمَةً ۚ أُوْلَٰٓئِكَ يُؤْمِنُونَ بِهِۦۚ وَمَن يَكْفُرْ بِهِۦ مِنَ ٱلْأَحْزَابِ فَٱلنَّارُ مَوْعِدُهُۥۚ فَلَا تَكُ فِى مِرْيَةٍ مِّنْهُۚ إِنَّهُ ٱلْحَقُّ مِن رَّبِّكَ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿١٧﴾

18. Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah. Abarementaniriza Imana Allah rero, bazoshengezwa ku Mana yabo Rurema Allah ku musi w'izuka, kugira Ibahembere ivyo bakoze; abamalayika, Intumwa, n'ibindi biremwa bazoba ivyabona, maze bavuge bati: "Aba, barementanirije Imana yabo

وَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّنِ ٱفْتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًاۚ أُوْلَٰٓئِكَ يُعْرَضُونَ عَلَىٰ رَبِّهِمْ وَيَقُولُ ٱلْأَشْهَٰدُ هَٰٓؤُلَآءِ ٱلَّذِينَ كَذَبُواْ عَلَىٰ رَبِّهِمْۚ أَلَا لَعْنَةُ ٱللَّهِ عَلَى ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٨﴾

[1] Icemezo kivugwa ng'aha, ni umumalayika Jibrili canke Intumwa Muhamadi (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah).

Rurema Allah bakiri kw'isi, Imana Allah Yaramaze kubashavurira. Emwee! Abirenganije barakavumwa n'Imana Allah";

19. Ababuragiza abantu gukurikira inzira y'Imana Allah, bagashaka ko nya nzira igorama ku vyipfuzo vyabo, kandi bagahakana bivuye inyuma ko bazozuka bagahemberwa ivyo bakoze mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

ٱلَّذِينَ يَصُدُّونَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ وَيَبْغُونَهَا عِوَجًا وَهُم بِٱلْءَاخِرَةِ هُمْ كَٰفِرُونَ ﴿١٩﴾

20. Abo ni bo rero, batazonanira Imana Allah ngo bayihunge kw'isi, eka nta n'umwe havuyemwo Imana Allah, bazoronka abakingira, canke ngo abakure mu bihano vyayo. Bazogwirizwa ibihano mu muriro wa Jahannamu kuko batashoboye kwumviriza Qor'ani ngo ibungure, kira noneho kandi ntibigeze babona n'ivyemezo vy'Imana Allah ngo bavyemere.

أُو۟لَٰٓئِكَ لَمْ يَكُونُوا۟ مُعْجِزِينَ فِى ٱلْأَرْضِ وَمَا كَانَ لَهُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ مِنْ أَوْلِيَآءَ ۘ يُضَٰعَفُ لَهُمُ ٱلْعَذَابُ ۚ مَا كَانُوا۟ يَسْتَطِيعُونَ ٱلسَّمْعَ وَمَا كَانُوا۟ يُبْصِرُونَ ﴿٢٠﴾

21. Abo ni bo rero, bihombeje ku kurementaniriza Imana Allah. Emwee! N'ibigirwamana babesha ko bizobavugira ku Mana Allah, bizozimangana;

أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ خَسِرُوٓا۟ أَنفُسَهُمْ وَضَلَّ عَنْهُم مَّا كَانُوا۟ يَفْتَرُونَ ﴿٢١﴾

22. Ni ukuri, mu buzima bw'inyuma yo gupfa ni bo bazohomba nya guhomba.

لَا جَرَمَ أَنَّهُمْ فِى ٱلْءَاخِرَةِ هُمُ ٱلْأَخْسَرُونَ ﴿٢٢﴾

23. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe, maze bakubahiriza n'amabwirizwa y'Imana yabo Rurema Allah, abo ni bo bantu rero bo mu Bwami bw'ijuru, bazobubamwo ibihe bidahera.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَأَخْبَتُوٓا۟ إِلَىٰ رَبِّهِمْ أُو۟لَٰٓئِكَ أَصْحَٰبُ ٱلْجَنَّةِ ۖ هُمْ فِيهَا خَٰلِدُونَ ﴿٢٣﴾

24. Akarorero k'imigwi ibiri; umugwi w'abagarariji[1] n'uw'abemeramana[2]; ni nk'ak'impumyi hamwe na nyamuragi, n'ak'uwukanura hamwe n'uwumva. Mbega none iyo migwi ibiri, yoba inganya ubutore! Ubwo ntimwokwibuka ngo munyurwe!

۞ مَثَلُ ٱلْفَرِيقَيْنِ كَٱلْأَعْمَىٰ وَٱلْأَصَمِّ وَٱلْبَصِيرِ وَٱلسَّمِيعِ ۚ هَلْ يَسْتَوِيَانِ مَثَلًا ۚ أَفَلَا تَذَكَّرُونَ ﴿٢٤﴾

25. Ni ukuri, Twebwe Allah Twararungitse Nuhu ku bantu biwe, araheza ababwira ati: "Jewe mu vy'ukuri, ndi umugabisha wanyu atomoye ku bihano vy'Imana Allah;

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَا نُوحًا إِلَىٰ قَوْمِهِۦٓ إِنِّى لَكُمْ نَذِيرٌ مُّبِينٌ ﴿٢٥﴾

26. Ndababwiriza ko mutokwiyegereza mu vyo mukora vyose mu gusenga, kiretse Imana Imwe Rudende Allah, jewe mu vy'ukuri ndatinya ko mu gihe mwobangikanya Imana Allah, mwohabwa ibihano bibabaza",

أَن لَّا تَعْبُدُوٓا۟ إِلَّا ٱللَّهَ ۖ إِنِّىٓ أَخَافُ عَلَيْكُمْ عَذَابَ يَوْمٍ أَلِيمٍ ﴿٢٦﴾

27. Indongozi z'abagararije mu bantu biwe, zaciye zimwishura ziti: "Twebwe tubona ko wewe uri umuntu nkatwe, ni gute hohishurirwa wewe gusa! Turavye

فَقَالَ ٱلْمَلَأُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ مِن قَوْمِهِۦ مَا نَرَىٰكَ إِلَّا بَشَرًا مِّثْلَنَا وَمَا نَرَىٰكَ ٱتَّبَعَكَ

[1] Umugwi utabona ukuri ngo ugukurikire, utumva uwuwurarikira ukwemera Imana Allah ngo wemere. Umugwi w'abagarariji ugereranywa n'impumyi na nyamuragi.

[2] Umugwi utabona ivyemezo vy'Imana Allah ngo uvyemere, utumva uwurarikira ukwemera Imana Allah ngo uwukurikire. Umugwi w'abemeramana ng'aha ugereranywa n'umuntu abona n'uwumva ukuri akagukurikira.

n'abagukurikiye muri twebwe, dusanga ari ba nyarucari gusa, badashoboye kwiyumvira. Kira noneho, nta n'ico tubona mudusumbije mu matungo kuva mwinjiye mw'idini ryanyu, ahubwo mbere turemeza neza ko mubesha mu vyo mushikiriza".

إِلَّا ٱلَّذِينَ هُمۡ أَرَاذِلُنَا بَادِيَ ٱلرَّأۡيِۖ وَمَا نَرَىٰ لَكُمۡ عَلَيۡنَا مِن فَضۡلِۭ بَلۡ نَظُنُّكُمۡ كَٰذِبِينَ ٢٧

28. Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yishuye nya ndongozi ati: "Bantu banje narungitsweko! Mbega mubona gute hamwe nozana icemezo gitomoye kivuye ku Mana yanje Rurema Allah, cemeza ko ndi mu kuri, Ikanampa n'ubutumwa ku mpuhwe zayo, maze Ikabahumya ntimushobore kubona nya kuri Yandungikanye, mubona twobahatira gukurikira nya kuri mu gihe muguhakana!

قَالَ يَٰقَوۡمِ أَرَءَيۡتُمۡ إِن كُنتُ عَلَىٰ بَيِّنَةٖ مِّن رَّبِّي وَءَاتَىٰنِي رَحۡمَةٗ مِّنۡ عِندِهِۦ فَعُمِّيَتۡ عَلَيۡكُمۡ أَنُلۡزِمُكُمُوهَا وَأَنتُمۡ لَهَا كَٰرِهُونَ ٢٨

29. Bantu banje! Nta matungo ndabasaba ko mwompemba kw'irarikiramana ryanje, ariko impembo yanje ndayiziga ku Mana Allah. Sindota rero nirukana abemeramana ndabahora ko ari ba nyarucari, kugira ngo mwemere, mu vy'ukuri bazohura n'Imana yabo Rurema Allah ku musi w'izuka, ariko rero jewe mbona ko muri inshirasoni mukaba n'abahanuzi babi;

وَيَٰقَوۡمِ لَآ أَسۡـَٔلُكُمۡ عَلَيۡهِ مَالًاۖ إِنۡ أَجۡرِيَ إِلَّا عَلَى ٱللَّهِۖ وَمَآ أَنَا۠ بِطَارِدِ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْۚ إِنَّهُم مُّلَٰقُواْ رَبِّهِمۡ وَلَٰكِنِّيٓ أَرَىٰكُمۡ قَوۡمٗا تَجۡهَلُونَ ٢٩

30. Bantu banje! Ni nde yontabara ku bihano, mu gihe Imana Allah Yompanira ukwirukana abemeramana? Ubwo ntimwokwibuka mukamenya ikibafitiye akamaro kurusha ibindi!

وَيَٰقَوۡمِ مَن يَنصُرُنِي مِنَ ٱللَّهِ إِن طَرَدتُّهُمۡۚ أَفَلَا تَذَكَّرُونَ ٣٠

31. Jewe sindigera ndababwira na rimwe ko ngaba ibigega vy'Imana Allah, sindanababwira ko nzi ibinyegejwe ibiremwa, canke ko ndi umumalayika; vyongeye sinorota mbwira abo musuzugura mu bemeramana, ko Imana Allah Itazobahembera ivyiza bakora; burya Imana Allah, ni Yo Izi gusumba ibiri mu mishaha yabo; ndamutse rero ndabikoze ukwo, muri ico gihe noba ndi mu barenganya".

وَلَآ أَقُولُ لَكُمۡ عِندِي خَزَآئِنُ ٱللَّهِ وَلَآ أَعۡلَمُ ٱلۡغَيۡبَ وَلَآ أَقُولُ إِنِّي مَلَكٞ وَلَآ أَقُولُ لِلَّذِينَ تَزۡدَرِيٓ أَعۡيُنُكُمۡ لَن يُؤۡتِيَهُمُ ٱللَّهُ خَيۡرًاۖ ٱللَّهُ أَعۡلَمُ بِمَا فِيٓ أَنفُسِهِمۡ إِنِّيٓ إِذٗا لَّمِنَ ٱلظَّٰلِمِينَ ٣١

32. Abantu ba Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) bamubwiye bati: "Ewe Nuhu! Ni ukuri, uramaze kutubwira ivyemezo vyawe akatari gake, uranaduhaririza kenshi, enda nyabuna rero, zana ibihano udusezeranira niwaba uri mu mvugakuri!".

قَالُواْ يَٰنُوحُ قَدۡ جَٰدَلۡتَنَا فَأَكۡثَرۡتَ جِدَٰلَنَا فَأۡتِنَا بِمَا تَعِدُنَآ إِن كُنتَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ٣٢

33. Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yabishuye ati: "Mu vy'ukuri, Imana Allah niyabishaka, Izobaha ibihano, kandi mwebwe ntimuzoyinanira;

قَالَ إِنَّمَا يَأۡتِيكُم بِهِ ٱللَّهُ إِن شَآءَ وَمَآ أَنتُم بِمُعۡجِزِينَ ٣٣

34. Eka n'ukwita kwanje ku rutare ndabahanura nshaka ko mwemera, nta co kuzobamarira mu gihe Imana Allah Yoshaka kubahubisha ngo Iheze Ibahane, ni Yo Mana yanyu Rurema, impera n'imperuka rero, ni no kuri Yo muzosubizwa mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kugira Ibahembere ivyo mwakoze kw'isi".

وَلَا يَنفَعُكُمۡ نُصۡحِيٓ إِنۡ أَرَدتُّ أَنۡ أَنصَحَ لَكُمۡ إِن كَانَ ٱللَّهُ يُرِيدُ أَن يُغۡوِيَكُمۡۚ هُوَ رَبُّكُمۡ وَإِلَيۡهِ تُرۡجَعُونَ ٣٤

أَمْ يَقُولُونَ ٱفْتَرَىٰهُ ۖ قُلْ إِنِ ٱفْتَرَيْتُهُۥ فَعَلَيَّ إِجْرَامِى وَأَنَا۠ بَرِىٓءٌ مِّمَّا تُجْرِمُونَ ﴿٣٥﴾

35. Ahubwo rero ababangikanyamana mu bantu ba Nuhu, bavuga ko Nuhu yarementanije ivyo ababwira. Nuhu! Bishure ubabwire uti: “Ninaba nararementanirije Imana Allah ivyo ndababwira, ivyaha vy’iryo rementanya biri ku gatwe kanje, kandi jewe nditandukanije n’ivyaha mukora”.

وَأُوحِىَ إِلَىٰ نُوحٍ أَنَّهُۥ لَن يُؤْمِنَ مِن قَوْمِكَ إِلَّا مَن قَدْ ءَامَنَ فَلَا تَبْتَئِسْ بِمَا كَانُوا۟ يَفْعَلُونَ ﴿٣٦﴾

36. Ibihano rero bigomba bishike, Nuhu (nyakugira amahoro y’Imana Allah) yahishuriwe n’Imana Allah, Imubwira Iti: “Nta wurota akwemera mu bantu bawe kiretse uwamaze kukwemera imbere y’aha, ntugatuntuzwe rero n’ivyo bakora;

وَٱصْنَعِ ٱلْفُلْكَ بِأَعْيُنِنَا وَوَحْيِنَا وَلَا تُخَٰطِبْنِى فِى ٱلَّذِينَ ظَلَمُوٓا۟ ۖ إِنَّهُم مُّغْرَقُونَ ﴿٣٧﴾

37. Nyaragasa rero ubaze ubwato ku mugaragaro aho Twebwe Allah Tubona[1] kw’itegeko ryacu kuko ukingiwe, kandi ntunsabe ko notenyenya guhana abirenganije, kuko mu vy’ukuri bazotwarwa n’isegenya”.

وَيَصْنَعُ ٱلْفُلْكَ وَكُلَّمَا مَرَّ عَلَيْهِ مَلَأٌ مِّن قَوْمِهِۦ سَخِرُوا۟ مِنْهُ ۚ قَالَ إِن تَسْخَرُوا۟ مِنَّا فَإِنَّا نَسْخَرُ مِنكُمْ كَمَا تَسْخَرُونَ ﴿٣٨﴾

38. Ni ho Nuhu rero yatangura kubaza nya bwato, uko indongozi z’abagarariji mu bantu biwe zirenganye aho abazira, zaravunanira urugohe ku gasuzuguro n'akantu, Nuhu agaca azibwira ati: “Nimwaba muvunanira urugohe ku kudusuzugura uno musi, nimwatwarwa n’isegenya na twe tuzobasuzugura nk’ukwo mudusuzugura;

فَسَوْفَ تَعْلَمُونَ مَن يَأْتِيهِ عَذَابٌ يُخْزِيهِ وَيَحِلُّ عَلَيْهِ عَذَابٌ مُّقِيمٌ ﴿٣٩﴾

39. Ico gihe c’isegenya rero, muzoheza mumenye uwuzoshikirwa n’ibihano bisuzuguza ng’aha kw’isi, akazohabwa n’ibihano vyamaho mu buzima bw’inyuma yo gupfa!”.

حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءَ أَمْرُنَا وَفَارَ ٱلتَّنُّورُ ۙ قُلْنَا ٱحْمِلْ فِيهَا مِن كُلٍّ زَوْجَيْنِ ٱثْنَيْنِ وَأَهْلَكَ إِلَّا مَن سَبَقَ عَلَيْهِ ٱلْقَوْلُ وَمَنْ ءَامَنَ ۚ وَمَآ ءَامَنَ مَعَهُۥٓ إِلَّا قَلِيلٌ ﴿٤٠﴾

40. Igihe rero itegeko ryo kubahonya ryagera, haboneka imbizi izananye mw’ifuru, Twabwiye Nuhu Duti: “Shira mu bwato igitsina-gabo n’igitsina-gore kuri buri bwoko bwose bw’ibiremwa, hamwe n’umuryango wawe kiretse uwamaze kwagirwa n’ibihano muri bo[2], wongere ushiremwo abakwemeye mu bantu bawe. Emwee! Nta n’uwamwemeye mu kiringo cose yabanye na bo kiretse abantu imparurwa”.

وَقَالَ ٱرْكَبُوا۟ فِيهَا بِسْمِ ٱللَّهِ مَجْرٖىٰهَا وَمُرْسَىٰهَآ ۚ إِنَّ رَبِّى لَغَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٤١﴾

41. Ni ho rero Nuhu yabwira abamwemeye ati: “Nimwurire ubwato, kw’izina ry’Imana Allah buraheza bugende mu mazi, ni no kw’izina ryayo buhagarara. Mu vy’ukuri Imana yanje Rurema Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo”.

وَهِىَ تَجْرِى بِهِمْ فِى مَوْجٍ كَٱلْجِبَالِ وَنَادَىٰ نُوحٌ ٱبْنَهُۥ وَكَانَ فِى مَعْزِلٍ يَٰبُنَىَّ ٱرْكَب مَّعَنَا وَلَا تَكُن مَّعَ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٤٢﴾

42. Nya bwato butanguye kureremba mu mazi, imikuba na yo ingana umusozi igakubita irya n’ino, Nuhu yahavuye ahamagara umuhungu wiwe aho yari yigungiye ku gatumba, arasemerera ati: “Mwananje! Urira tujane mu

[2] Iyi Aayah iremeza ko Imana Allah Ifise amaso mu buryo bujanye n’icubahiro cayo.
[1] Umuhungu wiwe hamwe n’umugore wiwe.

bwato, ntuhave usigarana n'abagarariji ngo utwarwe n'isegenya!".

قَالَ سَـَٔاوِيٓ إِلَىٰ جَبَلٖ يَعۡصِمُنِي مِنَ ٱلۡمَآءِۚ قَالَ لَا عَاصِمَ ٱلۡيَوۡمَ مِنۡ أَمۡرِ ٱللَّهِ إِلَّا مَن رَّحِمَۚ وَحَالَ بَيۡنَهُمَا ٱلۡمَوۡجُ فَكَانَ مِنَ ٱلۡمُغۡرَقِينَ ٤٣

43. Umuhungu wiwe yamwishuye ati: "Ndahungira ku musozi, maze unkingire sintwarwe". Nuhu amusubiza ati: "Uno musi nta gikingira umuntu n'umwe igihano c'isengenya, kiretse uwugirirwa impuhwe n'Imana Allah, enda nyabuna mwananje, niwemere uheze wurire ubwato". Aho ni ho rero umukuba ungana umusozi wahitana nya muhungu, aca aba mu basomeshejwe nturi, bari aho.

وَقِيلَ يَٰٓأَرۡضُ ٱبۡلَعِي مَآءَكِ وَيَٰسَمَآءُ أَقۡلِعِي وَغِيضَ ٱلۡمَآءُ وَقُضِيَ ٱلۡأَمۡرُ وَٱسۡتَوَتۡ عَلَى ٱلۡجُودِيِّۖ وَقِيلَ بُعۡدٗا لِّلۡقَوۡمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ٤٤

44. Inyuma y'ihanishwa ry'isegenya, isi yategetswe n'Imana Allah, iti: "Wa si we! Kamya amazi yawe. Na we wa juru we! Tara imvura yawe ihite". Ni ho amazi yabona kugabanuka, isi irumuka, gutyo itegeko ry'Imana Allah ryo guhana abantu ba Nuhu, riba rishizwe mu ngiro. Bwa bwato bushoka buhagarara ku nkengera z'umusozi Al-Juudiy, akayagwa karayagwa bati: "Haragahona abantu birenganya mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah".

وَنَادَىٰ نُوحٞ رَّبَّهُۥ فَقَالَ رَبِّ إِنَّ ٱبۡنِي مِنۡ أَهۡلِي وَإِنَّ وَعۡدَكَ ٱلۡحَقُّ وَأَنتَ أَحۡكَمُ ٱلۡحَٰكِمِينَ ٤٥

45. Ni ho Nuhu yatakambira Imana yiwe Rurema Allah, avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri, Wari Wansezeraniye ko Urokora umuryango wanje ntuhitanwe n'isegenya, umuhungwanje na we akaba ari mu muryango wanje, kandi mu vy'ukuri isezerano ryawe ni iry'ukuri, ni na Wewe Nyene kugira ubutungane bubereye ku biremwa gusumba abacamanza bose".

قَالَ يَٰنُوحُ إِنَّهُۥ لَيۡسَ مِنۡ أَهۡلِكَۖ إِنَّهُۥ عَمَلٌ غَيۡرُ صَٰلِحٖۖ فَلَا تَسۡـَٔلۡنِ مَا لَيۡسَ لَكَ بِهِۦ عِلۡمٌۖ إِنِّيٓ أَعِظُكَ أَن تَكُونَ مِنَ ٱلۡجَٰهِلِينَ ٤٦

46. Imana Allah Iraheza Imwishura Iti: "Ewe Nuhu! Umuhungwawe burya ntari mu muryango wawe Nagusezeraniye kuzorokora, kubera ko yaranzwe n'ibikorwa vy'igarariza ryiwe. Kubera ivyo rero, ndakwihanije kunsaba ivyo udafitiye ubumenyi, mu vy'ukuri Jewe Allah Ndaguhanura kugira ntube mu bantu b'inshirasoni batazi ivyo basaba".

قَالَ رَبِّ إِنِّيٓ أَعُوذُ بِكَ أَنۡ أَسۡـَٔلَكَ مَا لَيۡسَ لِي بِهِۦ عِلۡمٞۖ وَإِلَّا تَغۡفِرۡ لِي وَتَرۡحَمۡنِيٓ أَكُن مِّنَ ٱلۡخَٰسِرِينَ ٤٧

47. Nuhu yahavuye rero atakambira Imana Allah, avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri, ndakwikinzeko unkingire kugusaba ivyo ntafitiye ubumenyi; nutambabarira rero ivyaha, Ukangirira impuhwe, ni ukuri nzoba mu bahomvye ubuzima bwabo".

قِيلَ يَٰنُوحُ ٱهۡبِطۡ بِسَلَٰمٖ مِّنَّا وَبَرَكَٰتٍ عَلَيۡكَ وَعَلَىٰٓ أُمَمٖ مِّمَّن مَّعَكَۚ وَأُمَمٞ سَنُمَتِّعُهُمۡ ثُمَّ يَمَسُّهُم مِّنَّا عَذَابٌ أَلِيمٞ ٤٨

48. Ni ho Imana Allah Yabwira Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), Iti: "Ururuka ubwato mw'ituze, mw'iteka n'itekane bivuye kuri Twebwe Allah, uheze ubeho mu migisha y'ingabirano Twaguhundagajeko, wewe n'imigwi y'amoko y'ibiremwa izokomoka ku biremwa muri kumwe. Hari n'iyindi migwi y'intumva mu biremwa, Tuzoha kuryoherwa gato mu buzima bwo kw'isi gushika ku musi

wa rwo, hanyuma Tuyihe ibihano bibabaza ku musi w'izuka".

تِلْكَ مِنْ أَنۢبَآءِ ٱلْغَيْبِ نُوحِيهَآ إِلَيْكَۖ مَا كُنتَ تَعْلَمُهَآ أَنتَ وَلَا قَوْمُكَ مِن قَبْلِ هَٰذَاۖ فَٱصْبِرْۖ إِنَّ ٱلْعَٰقِبَةَ لِلْمُتَّقِينَ ﴿٤٩﴾

49. Ntumwa y'Imana! Izo rero, ni zimwe mu nkuru zo muri kahise Tuguhishurira. Yaba wewe kibure abantu bawe, nta wigeze azimenya imbere yuko Tuzikubwira. Kubera ivyo rero, ihanganire ihakana n'ibangamira ry'abantu bawe; nk'uko n'Intumwa zo hambere yawe zihanganye. Mu vy'ukuri, iherezo ryiza kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni iry'abagamburukiramana.

وَإِلَىٰ عَادٍ أَخَاهُمْ هُودًاۚ قَالَ يَٰقَوْمِ ٱعْبُدُواْ ٱللَّهَ مَا لَكُم مِّنْ إِلَٰهٍ غَيْرُهُۥٓۖ إِنْ أَنتُمْ إِلَّا مُفْتَرُونَ ﴿٥٠﴾

50. Twararungikiye na Bene Aadi mwenewabo Hudi, araheza ababwira ati: "Bantu banje narungitsweko! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana mufise ikwiye gusengwa atari Yo, burya mwebwe nta co muri kiretse ko murementanya mu gusenga ikitari Imana Allah;

يَٰقَوْمِ لَآ أَسْـَٔلُكُمْ عَلَيْهِ أَجْرًاۖ إِنْ أَجْرِيَ إِلَّا عَلَى ٱلَّذِى فَطَرَنِيٓۚ أَفَلَا تَعْقِلُونَ ﴿٥١﴾

51. Bantu banje! Nta ndishi ndabasaba kw'irarikiramana ryanje ryo gusenga Imana Imwe Rudende Allah, ariko impembo yanje ndayiziga ku Mana yanje Yandemye Allah. Mbega ntimugira ubwenge ngo mushobore gutandukanya ukuri n'ikinyoma!;

وَيَٰقَوْمِ ٱسْتَغْفِرُواْ رَبَّكُمْ ثُمَّ تُوبُوٓاْ إِلَيْهِ يُرْسِلِ ٱلسَّمَآءَ عَلَيْكُم مِّدْرَارًا وَيَزِدْكُمْ قُوَّةً إِلَىٰ قُوَّتِكُمْ وَلَا تَتَوَلَّوْاْ مُجْرِمِينَ ﴿٥٢﴾

52. Bantu banje! Nimusabe ikigongwe ku vyaha vyanyu Imana yanyu Rurema Allah, muheze mwigaye kuri Yo ivyaha vyanyu. Nimwicisha bugufi rero ku Mana Allah, Izoca Ibamanurira imvura y'urutavanako murime mwimbure, Yongere Ibongerereze inkomezi ku nkomezi musanganwe mu kurondoka; ntimuzogenze umugongo mu kuba abanyavyaha".

قَالُواْ يَٰهُودُ مَا جِئْتَنَا بِبَيِّنَةٍ وَمَا نَحْنُ بِتَارِكِىٓ ءَالِهَتِنَا عَن قَوْلِكَ وَمَا نَحْنُ لَكَ بِمُؤْمِنِينَ ﴿٥٣﴾

53. Abantu biwe bamwishuye bati: "Ewe Huudi! Nta cemezo uratwereka kigaragaza ukuri ku vyo uturarikira, kandi rero na twe ntiturota duheba gusenga imana zacu ku kwubahiriza gusa ijambo ryawe, eka ntitunarota tukwemera;

إِن نَّقُولُ إِلَّا ٱعْتَرَىٰكَ بَعْضُ ءَالِهَتِنَا بِسُوٓءٍۗ قَالَ إِنِّىٓ أُشْهِدُ ٱللَّهَ وَٱشْهَدُوٓاْ أَنِّى بَرِىٓءٌ مِّمَّا تُشْرِكُونَ ﴿٥٤﴾

54. Nta co tworonka tukubwira, kiretse ko imana zacu zaguhuganiye ugakeherwa n'ubwenge". Huudi araheza abishura ati: "Jewe mu vy'ukuri, Icabona canje ku vyo mvuga, ni Imana Allah, na mwe nyene ndabagize ivyabona ko nitandukanije n'ivyo muyibangikanya";

مِن دُونِهِۦۖ فَكِيدُونِى جَمِيعًا ثُمَّ لَا تُنظِرُونِ ﴿٥٥﴾

55. Muyibangikanya n'ibigirwamana bikaba biciye kubiri n'icubahiro cayo. Kubera ivyo rero, nimukoreshe urwenge mwese hamwe n'ibigirwamana vyanyu mu kunkorera ikibi, hanyuma ntimundindirize na gato mutaranyirahira;

إِنِّى تَوَكَّلْتُ عَلَى ٱللَّهِ رَبِّى وَرَبِّكُمْۚ مَّا مِن دَآبَّةٍ إِلَّا هُوَ ءَاخِذٌۢ بِنَاصِيَتِهَآۚ إِنَّ رَبِّى عَلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٥٦﴾

56. Mu vy'ukuri, jewe nishimikije Imana Allah kandi ndayizeye, nta conshikira Itakirekuye, ni Yo Mana yanje Ikongera Ikaba n'Imana yanyu Rurema Allah, nta kiremwa na kimwe kigendagenda kw'isi kiretse ko ari Yo Rugaba

waco. Mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, ni Nyeninzira igororotse[1]".

فَإِن تَوَلَّوْا۟ فَقَدْ أَبْلَغْتُكُم مَّآ أُرْسِلْتُ بِهِۦٓ إِلَيْكُمْ ۚ وَيَسْتَخْلِفُ رَبِّى قَوْمًا غَيْرَكُمْ وَلَا تَضُرُّونَهُۥ شَيْـًٔا ۚ إِنَّ رَبِّى عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ حَفِيظٌ ﴿٥٧﴾

57. Nimwagenza umugongo mukirengagiza ivyo ndabararikira, ni ukuri ahanje naramaze kubashikiriza ubutumwa narungikanwe n'Imana Allah. Nimutemera rero mugasenga Imana Imwe Rudende Allah, Imana yanje Rurema Allah Izobahonya, Iheze Ibasubirize abandi bantu bayigamburukira, eka nta n'ico muzoyitwara. Mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, ni Umubungabunzi w'ibiremwa vyose.

وَلَمَّا جَآءَ أَمْرُنَا نَجَّيْنَا هُودًا وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ مَعَهُۥ بِرَحْمَةٍ مِّنَّا وَنَجَّيْنَٰهُم مِّنْ عَذَابٍ غَلِيظٍ ﴿٥٨﴾

58. Igihe rero isezerano ryacu Twebwe Allah ryo guhana Bene Aadi ryagera, Twararokoye ku mpuhwe zacu, Huudi n'abemeramana bari kumwe, Tubakiza ibihano bikaze vyashikiye Bene Aadi.

وَتِلْكَ عَادٌ جَحَدُوا۟ بِـَٔايَٰتِ رَبِّهِمْ وَعَصَوْا۟ رُسُلَهُۥ وَٱتَّبَعُوٓا۟ أَمْرَ كُلِّ جَبَّارٍ عَنِيدٍ ﴿٥٩﴾

59. Ng'abo rero Bene Aadi mwumva bahakanye Aayah z'Imana yabo Rurema Allah bagabitaniriza n'Intumwa zayo, baraheza bumvira amabwirizwa y'umuntu wese atwaza igikenye, yishima, w'intumva;

وَأُتْبِعُوا۟ فِى هَٰذِهِ ٱلدُّنْيَا لَعْنَةً وَيَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ ۗ أَلَآ إِنَّ عَادًا كَفَرُوا۟ رَبَّهُمْ ۗ أَلَا بُعْدًا لِّعَادٍ قَوْمِ هُودٍ ﴿٦٠﴾

60. Bakurikijwe n'imivumo y'Imana Allah kuri iyi si. Ku musi w'izuka naho, bazoshavurirwa n'Imana Allah. Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, Bene Aadi baragararije Imana yabo Rurema Allah, bahakana bivuye inyuma n'Intumwa zayo. Bantu, nimwumve mwumvireho! Haragahona Bene Aadi barungikiwe Huudi.

۞ وَإِلَىٰ ثَمُودَ أَخَاهُمْ صَٰلِحًا ۚ قَالَ يَٰقَوْمِ ٱعْبُدُوا۟ ٱللَّهَ مَا لَكُم مِّنْ إِلَٰهٍ غَيْرُهُۥ ۖ هُوَ أَنشَأَكُم مِّنَ ٱلْأَرْضِ وَٱسْتَعْمَرَكُمْ فِيهَا فَٱسْتَغْفِرُوهُ ثُمَّ تُوبُوٓا۟ إِلَيْهِ ۚ إِنَّ رَبِّى قَرِيبٌ مُّجِيبٌ ﴿٦١﴾

61. Twaranarungikiye Bene Thamuudi mwenewabo Swalehe, araheza arababwira ati: "Bantu banje narungitsweko! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana mufise ikwiye gusengwa atari Yo, ni Yo Yabaremye mw'ivu mu kurema so wanyu Adamu, Iraheza Ibaha ububasha bwo gutunganya no guteza imbere isi. Kubera ivyo rero, nimuyisabe ikigongwe ku vyaha vyanyu, hanyuma mugaruke mwigaye kuri Yo, mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah Iri hafi y'umusenzi, Yumvira uwuyisavye.

قَالُوا۟ يَٰصَٰلِحُ قَدْ كُنتَ فِينَا مَرْجُوًّا قَبْلَ هَٰذَآ ۖ أَتَنْهَىٰنَآ أَن نَّعْبُدَ مَا يَعْبُدُ ءَابَآؤُنَا ۖ وَإِنَّنَا لَفِى شَكٍّ مِّمَّا تَدْعُونَآ إِلَيْهِ مُرِيبٍ ﴿٦٢﴾

62. Bene Thamuudi bavuze bati: "Ewe Swalehe! Ni ukuri, wahora uri umuntu w'umwizigirwa n'umwubahwa, imbere yuko uturarikira gusenga Imana Imwe Rudende. Ubu rero, karashize ingani, wubahuke kutubuza gusenga imana zasengwa n'abavyeyi bacu! Ni ukuri, turafise amakenga menshi ku vyo uturarikira ko twosenga".

[1] Ishira mu ngiro ibitunganye, Ikabwiriza ibitunganye, Igashinga amateka atunganye. Ihembera umugwaneza ubugwaneza bwiwe, Ikanahanira n'umunyavyaha ivyaha vyiwe.

63. Swalehe yabishuye avuga ati: “Bantu banje narungitsweko! Mbega mubona gute hamwe noba ndi mu kuri kuvuye ku Mana yanje Rurema Allah, Ikampa n’ubutumwa ku mpuhwe zayo, ni nde muri mwebwe yontabara akankurako ibihano vyayo, mu gihe noreka gushikiriza ubutumwa! Ni igiki mwonyongerereza atari agahombo k’ubuhuvyi;

قَالَ يَٰقَوۡمِ أَرَءَيۡتُمۡ إِن كُنتُ عَلَىٰ بَيِّنَةٖ مِّن رَّبِّي وَءَاتَىٰنِي مِنۡهُ رَحۡمَةٗ فَمَن يَنصُرُنِي مِنَ ٱللَّهِ إِنۡ عَصَيۡتُهُۥۖ فَمَا تَزِيدُونَنِي غَيۡرَ تَخۡسِيرٖ ٦٣

64. Bantu banje! Ng’iyo ingamiya mwarungikiwe n’Imana Allah, kugira ibabere icemezo cerekana ko ndi mu kuri. Nimuyireke rero irishe aho ishatse kw’isi y’Imana Allah, ntimunayikomakome ku nabi ngo muyice imitsi, kuko mwohava mushikirwa n’ibihano vyimirije ku bigaba”.

وَيَٰقَوۡمِ هَٰذِهِۦ نَاقَةُ ٱللَّهِ لَكُمۡ ءَايَةٗۖ فَذَرُوهَا تَأۡكُلۡ فِيٓ أَرۡضِ ٱللَّهِۖ وَلَا تَمَسُّوهَا بِسُوٓءٖ فَيَأۡخُذَكُمۡ عَذَابٞ قَرِيبٞ ٦٤

65. Ni ho rero bahakana bivuye inyuma, basimbira kuri nya ngamiya barayica imitsi, barayibaga. Swalehe aca ababwira ati: “Nimuryoherwe mwidagadure mu zanyu mu kiringo c’imisi itatu itarenga, inyuma y’aho nimwitege ibihano bigiye gushika, iryo ni isezerano ry’Imana Allah ntabanduka, ritabeshuzwa”.

فَعَقَرُوهَا فَقَالَ تَمَتَّعُواْ فِي دَارِكُمۡ ثَلَٰثَةَ أَيَّامٖۖ ذَٰلِكَ وَعۡدٌ غَيۡرُ مَكۡذُوبٖ ٦٥

66. Igihe rero isezerano ryacu Twebwe Allah ryo guhana Bene Thamuudi ryagera, Twararokoye ku mpuhwe zacu, Swalehe n’abemeramana bari kumwe, Twaranabateturuye kuri uyo musi w’ibihano. Mu vy’ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Nyeninguvu, Nyenintsinzi-Mutaneshwa.

فَلَمَّا جَآءَ أَمۡرُنَا نَجَّيۡنَا صَٰلِحٗا وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مَعَهُۥ بِرَحۡمَةٖ مِّنَّا وَمِنۡ خِزۡيِ يَوۡمِئِذٍۗ إِنَّ رَبَّكَ هُوَ ٱلۡقَوِيُّ ٱلۡعَزِيزُ ٦٦

67. Bene Thamuudi birenganije, bahitanwe n'igihano c'akaruru kaziba amatwi gaturutse hejuru, bazinduka bose bahonye, ari ibiziga vyibereye ng'aho mu ngo zabo;

وَأَخَذَ ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ ٱلصَّيۡحَةُ فَأَصۡبَحُواْ فِي دِيَٰرِهِمۡ جَٰثِمِينَ ٦٧

68. Nk’aho batigeze babaho. Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy’ukuri, Bene Thamuudi baragararije Aayah n’ivyemezo vy’Imana yabo Rurema Allah. Bantu, nimwumve mwumvireho! Haragahona Bene Thamuudi bimonogoje mu butumva!

كَأَن لَّمۡ يَغۡنَوۡاْ فِيهَآۗ أَلَآ إِنَّ ثَمُودَاْ كَفَرُواْ رَبَّهُمۡۗ أَلَا بُعۡدٗا لِّثَمُودَ ٦٨

69. Ni ukuri, intumwa zacu Twebwe Allah z’abamalayika, zaraje kwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y’Imana Allah), zimuzaniye inkuru nziza yuko umukenyezi wiwe Sarah azokwibaruka umwana w’umuhungu yitwa Is-haka, azoheza akamuvyarira umwuzukuru yitwa Yakubu mwene Is-haka. Izo ntumwa zigishika, zaramuramukije ziti: “Nimugire amahoro”. Na we arazishura ati: “Nimusangwe amahoro”. Ibrahimu ntiyatevye, aca azizimana inyama yokeje y’inyana y’inka inuze.

وَلَقَدۡ جَآءَتۡ رُسُلُنَآ إِبۡرَٰهِيمَ بِٱلۡبُشۡرَىٰ قَالُواْ سَلَٰمٗاۖ قَالَ سَلَٰمٞۖ فَمَا لَبِثَ أَن جَآءَ بِعِجۡلٍ حَنِيذٖ ٦٩

فَلَمَّا رَءَآ أَيۡدِيَهُمۡ لَا تَصِلُ إِلَيۡهِ نَكِرَهُمۡ وَأَوۡجَسَ مِنۡهُمۡ خِيفَةٗۚ قَالُواْ لَا تَخَفۡ إِنَّآ أُرۡسِلۡنَآ إِلَىٰ قَوۡمِ لُوطٖ ٧٠

70. Ibrahimu amaze kubona ko zitihereza inzimano yazihaye, ntivyamunezereye namba ku mutima, maze bimutera ubwoba. Nya ntumwa zimaze kubona ko Ibrahimu yagize ubwoba mu kumuhumuriza zamubwiye ziti: “Ntugire ubwoba namba! Twebwe turi abamalayika, twarungitswe n’Imana Allah kuja guhonya abantu ba Luutwi”.

وَٱمۡرَأَتُهُۥ قَآئِمَةٞ فَضَحِكَتۡ فَبَشَّرۡنَٰهَا بِإِسۡحَٰقَ وَمِن وَرَآءِ إِسۡحَٰقَ يَعۡقُوبَ ٧١

71. Aho, umukenyezi wiwe Sarah yari ahagaze haruguru, yaciye atwenga atangazwa n’ivyo yumvise, ni ho rero Twamuha inkuru nziza yashikirijwe n’abo bamalayika ko azokwibaruka umwana azokwitwa Is-haka, hanyuma Is-haka na we akazovyara umwana w’umwuzukuru azokwitwa Yakubu.

قَالَتۡ يَٰوَيۡلَتَىٰٓ ءَأَلِدُ وَأَنَا۠ عَجُوزٞ وَهَٰذَا بَعۡلِي شَيۡخًاۖ إِنَّ هَٰذَا لَشَيۡءٌ عَجِيبٞ ٧٢

72. Sarah yaratangaye aca avuga ati: “Bishoboka gute ko novyara kandi ndi umukecuru, umugabo wanje na we akaba amaze gusaza! Mu vy’ukuri, ico coba ari ikintu gitangaje koko”.

قَالُوٓاْ أَتَعۡجَبِينَ مِنۡ أَمۡرِ ٱللَّهِۖ رَحۡمَتُ ٱللَّهِ وَبَرَكَٰتُهُۥ عَلَيۡكُمۡ أَهۡلَ ٱلۡبَيۡتِۚ إِنَّهُۥ حَمِيدٞ مَّجِيدٞ ٧٣

73. Nya ntumwa z’abamalayika ziraheza zimwishura ziti: “Utangazwa n’ivyagezwe n’Imana Allah kuri mwebwe! Bantu b’inzu y’ubutumwa! Murakagira impuhwe n’imigisha vy’Imana Allah. Mu vy’ukuri, ni Yo Nyenugushimwa muri vyose, Nyeniteka”.

فَلَمَّا ذَهَبَ عَنۡ إِبۡرَٰهِيمَ ٱلرَّوۡعُ وَجَآءَتۡهُ ٱلۡبُشۡرَىٰ يُجَٰدِلُنَا فِي قَوۡمِ لُوطٍ ٧٤

74. Ibrahimu amaze gutururwa, agashikirizwa inkuru nziza yo kwibaruka Is-haka, uyu na we akazomuvyarira umwuzukuru yitwa Yakubu, yabandanije kuganiriza abo bamalayika ku bijanye n’ibihano baje guha abantu ba Luutwi.

إِنَّ إِبۡرَٰهِيمَ لَحَلِيمٌ أَوَّٰهٞ مُّنِيبٞ ٧٥

75. Mu vy’ukuri, Ibrahimu yarangwa n’ubwitonzi nta ngere[1], yari n’umutakamvyi ku Mana Allah, yigaya muri vyose akagaruka kuri Yo.

يَٰٓإِبۡرَٰهِيمُ أَعۡرِضۡ عَنۡ هَٰذَآۖ إِنَّهُۥ قَدۡ جَآءَ أَمۡرُ رَبِّكَۖ وَإِنَّهُمۡ ءَاتِيهِمۡ عَذَابٌ غَيۡرُ مَرۡدُودٖ ٧٦

76. Izo ntumwa z’abamalayika zahavuye zibwira Ibrahimu ziti: “Ewe Ibrahimu! Geza aho kutuganiriza urondera ko twotenyenya ku bijanye n’ibihano tugiye guha abantu ba Luutwi, mu vy’ukuri ihanwa ryabo, ryamaze kugera nta gisivya, ntirisubizwa inyuma”.

وَلَمَّا جَآءَتۡ رُسُلُنَا لُوطٗا سِيٓءَ بِهِمۡ وَضَاقَ بِهِمۡ ذَرۡعٗا وَقَالَ هَٰذَا يَوۡمٌ عَصِيبٞ ٧٧

77. Igihe intumwa zacu Twebwe Allah z’abamalayika zashika kwa Luutwi, Luutwi yaragize impungenge ku muzo wazo, aca avuga akizibona[2] ati: “Ni umusi w’igeragezwa ritoroshe pe!”.

وَجَآءَهُۥ قَوۡمُهُۥ يُهۡرَعُونَ إِلَيۡهِ وَمِن قَبۡلُ كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ٱلسَّيِّـَٔاتِۚ قَالَ يَٰقَوۡمِ هَٰٓؤُلَآءِ

78. Ni ho rero abantu baza banyaragasa kwa Luutwi, bakaba bahora bari mu bipfuza abagabo ha kwipfuza abagore, Luutwi aca arabiyama ababwira ati: “Ng’aba

[1] Adakunda kwihutira guhana.
[2] Ataramenya ko ari abamalayika, ku gutinya ko hagira abantu baza kubipfuza.

abakobwa banje[1] ndababashingize, ni bo mukwiranye; nimutinye ibihano vy'Imana Allah, reka ntimuntetereze mu gushira isoni ku bashitsi banje, ubwo muri mwebwe ntihagiramwo umuntu n'umwe w'inarariboneye yobabuza gukora iryo bara?".

بَنَاتِي هُنَّ أَطْهَرُ لَكُمْ ۖ فَاتَّقُوا اللَّهَ وَلَا تُخْزُونِ فِي ضَيْفِي ۖ أَلَيْسَ مِنكُمْ رَجُلٌ رَّشِيدٌ ﴿٧٨﴾

79. Bamwishuye bati: "Luutwi! Ni ukuri urazi neza ko tutipfuza abakobwa bawe, kandi mu vy'ukuri urazi neza na neza ico dushaka, ko ari ihuzabitsina n'abagabo nkatwe".

قَالُوا لَقَدْ عَلِمْتَ مَا لَنَا فِي بَنَاتِكَ مِنْ حَقٍّ وَإِنَّكَ لَتَعْلَمُ مَا نُرِيدُ ﴿٧٩﴾

80. Ni ho rero Luutwi yababwira ati: "Ese iyo ngira inguvu zikwiye zo kubatesha, canke nkagira ingabo zintabara, narikubabuza ku nguvu".

قَالَ لَوْ أَنَّ لِي بِكُمْ قُوَّةً أَوْ آوِي إِلَىٰ رُكْنٍ شَدِيدٍ ﴿٨٠﴾

81. Izo ntumwa z'abamalayika zaciye zimenyekanisha kwa Luutwi, ziti: "Ewe Luutwi! Mu vy'ukuri, twebwe turi intumwa z'abamalayika zivuye ku Mana yawe Rurema Allah, twaje kugira duhonye abantu bawe, humura rero ntibashobora namba kwegera n'aho uri. Enda nyabuna rero, muri iri joro, urimuka wewe n'umuryango wawe hamwe n'abemeramana, kandi ntihagire n'umwe muri mwebwe ahirahira ngo ahindukire arabe inyuma, ariko rero umugore wawe aza guhanwa mu bandi. Isango ry'ihonywa ryabo rero, ni mu bucagucagu, burya ubucabucagu buri hafi gushika".

قَالُوا يَا لُوطُ إِنَّا رُسُلُ رَبِّكَ لَن يَصِلُوا إِلَيْكَ ۖ فَأَسْرِ بِأَهْلِكَ بِقِطْعٍ مِّنَ اللَّيْلِ وَلَا يَلْتَفِتْ مِنكُمْ أَحَدٌ إِلَّا امْرَأَتَكَ ۖ إِنَّهُ مُصِيبُهَا مَا أَصَابَهُمْ ۚ إِنَّ مَوْعِدَهُمُ الصُّبْحُ ۚ أَلَيْسَ الصُّبْحُ بِقَرِيبٍ ﴿٨١﴾

82. Igihe rero isezerano ryacu Twebwe Allah ryo guhana abantu ba Luutwi ryagera, Twabubitseko isi y'aho baba, hejuru haja mu kuzimu, Duca Tuhacucagira amabuye ahiye y'urutavanako;

فَلَمَّا جَاءَ أَمْرُنَا جَعَلْنَا عَالِيَهَا سَافِلَهَا وَأَمْطَرْنَا عَلَيْهَا حِجَارَةً مِّن سِجِّيلٍ مَّنضُودٍ ﴿٨٢﴾

83. Ayo mabuye yariko ibimenyetso biturutse ku Mana yawe Rurema Allah, bituma adasa n'amabuye yo kw'isi; kandi icucagira ry'amabuye Twahanishije abantu ba Luutwi, ntiriri kure ko ryoshikira abagarariji b'Abakorayishi birenganije[2].

مُّسَوَّمَةً عِندَ رَبِّكَ ۖ وَمَا هِيَ مِنَ الظَّالِمِينَ بِبَعِيدٍ ﴿٨٣﴾

84. Twaranarungikiye abantu bo muri Madiyana mwenewabo Shu'ayibu, araheza ababwira ati: "Bantu banje narungitsweko! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana mufise ikwiye gusengwa atari Yo, kandi ntimukagabanye ingero n'iminzani mu gupimira abantu, mu vy'ukuri mbona mworohewe mu buzima, kandi ndatinya ko mwoshikirwa n'ibihano vy'umusi ubakikuje;

وَإِلَىٰ مَدْيَنَ أَخَاهُمْ شُعَيْبًا ۚ قَالَ يَا قَوْمِ اعْبُدُوا اللَّهَ مَا لَكُم مِّنْ إِلَٰهٍ غَيْرُهُ ۖ وَلَا تَنقُصُوا الْمِكْيَالَ وَالْمِيزَانَ ۖ إِنِّي أَرَاكُم بِخَيْرٍ وَإِنِّي أَخَافُ عَلَيْكُمْ عَذَابَ يَوْمٍ مُّحِيطٍ ﴿٨٤﴾

[1] Muri iyi Aayah, Imana Allah Yise abagore abakobwa ba Luutwi kuko Intumwa yarungitswe ku bantu, ifatwa nka sewabo.

[2] Iyi Aayah irihaniza intumva z'ibigaba izereka ko zishobora guhanwa.

85. Bantu banje! Nimukwize neza ivyo mupima ku ngero no ku munzani, kandi ntimukarenganye abantu mu kubambura utwabo mu buryo ubwo ari bwo bwose, ntimukagenzwe n'ubwononyi kw'isi;

وَيَٰقَوۡمِ أَوۡفُواْ ٱلۡمِكۡيَالَ وَٱلۡمِيزَانَ بِٱلۡقِسۡطِۖ وَلَا تَبۡخَسُواْ ٱلنَّاسَ أَشۡيَآءَهُمۡ وَلَا تَعۡثَوۡاْ فِي ٱلۡأَرۡضِ مُفۡسِدِينَ ٨٥

86. Inyungu muronka mu gihe mukwije ingero n'iminzani, ni yo irimwo imigisha n'ineza kuri mwebwe biturutse ku Mana Allah. Nimwaba mwemera koko Imana Allah, nimwubahirize rero iryo bwirizwa, si nanje njejwe kumenya no kubungabunga ivyo mukora".

بَقِيَّتُ ٱللَّهِ خَيۡرٞ لَّكُمۡ إِن كُنتُم مُّؤۡمِنِينَۚ وَمَآ أَنَا۠ عَلَيۡكُم بِحَفِيظٖ ٨٦

87. Abantu ba Shu'ayibu barinamuye bamwishura bati: "Ewe Shu'ayibu! Mbega amasengesho yawe, ni yo agutegeka kutubuza ko dusenga ivyo ba data basenga! Canke ko tureka kurondera inyungu y'amatungo yacu uko dushaka! Yoo! Ni ukuri, wewe urateye ikigongwe! Aho rero, ni wewe uri inararibonye izi ikoreshwa ribereye ry'amatungo!".

قَالُواْ يَٰشُعَيۡبُ أَصَلَوٰتُكَ تَأۡمُرُكَ أَن نَّتۡرُكَ مَا يَعۡبُدُ ءَابَآؤُنَآ أَوۡ أَن نَّفۡعَلَ فِيٓ أَمۡوَٰلِنَا مَا نَشَٰٓؤُاْۖ إِنَّكَ لَأَنتَ ٱلۡحَلِيمُ ٱلرَّشِيدُ ٨٧

88. Shu'ayibu yavuze ati: "Emwe bantu banje narungitsweko! Nimumbwire uko vyogenda, mu gihe noba ndi mu kuri kuvuye ku Mana yanje Rurema Allah, Ikampa n'ibimbeshaho bikwiye, biryoshe kandi birekuwe! Sinshaka rero ko noca kubiri na mwe nkakora ivyo ndababuza; nta n'ico ndondera mu kubararikira kwubahiriza utwa murundi, kiretse kubatunganiriza uko nshoboye kwose; eka nta n'ico nshoboye gushikako kiretse ico nshobojwe n'Imana Allah, ni Yo gusa nishimikije nkizera, ni na Yo gusa ngarukako nkigaya;

قَالَ يَٰقَوۡمِ أَرَءَيۡتُمۡ إِن كُنتُ عَلَىٰ بَيِّنَةٖ مِّن رَّبِّي وَرَزَقَنِي مِنۡهُ رِزۡقٗا حَسَنٗاۚ وَمَآ أُرِيدُ أَنۡ أُخَالِفَكُمۡ إِلَىٰ مَآ أَنۡهَىٰكُمۡ عَنۡهُۚ إِنۡ أُرِيدُ إِلَّا ٱلۡإِصۡلَٰحَ مَا ٱسۡتَطَعۡتُۚ وَمَا تَوۡفِيقِيٓ إِلَّا بِٱللَّهِۚ عَلَيۡهِ تَوَكَّلۡتُ وَإِلَيۡهِ أُنِيبُ ٨٨

89. Bantu banje narungitsweko! Urwanko ruturutse ku kuba tudahuje gusa ukwemera, ntirutume mubandanya kuba intumva, kuko vyotuma muhanwa nk'uko hahanwe abantu ba Nuhu, canke abantu ba Huudi, canke abantu ba Swalehe. Kira noneho n'ihanwa ry'abantu ba Luutwi ntiryabereye kure y'aho mucumbitse!;

وَيَٰقَوۡمِ لَا يَجۡرِمَنَّكُمۡ شِقَاقِيٓ أَن يُصِيبَكُم مِّثۡلُ مَآ أَصَابَ قَوۡمَ نُوحٍ أَوۡ قَوۡمَ هُودٍ أَوۡ قَوۡمَ صَٰلِحٖۚ وَمَا قَوۡمُ لُوطٖ مِّنكُم بِبَعِيدٖ ٨٩

90. Nimusabe ikigongwe ku vyaha vyanyu Imana yanyu Rurema Allah, hanyuma mugaruke mwigaye kuri Yo, mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, ni Nyenimbabazi ku batoni bayo, Nyenurukundo-ntangere ku bigaya".

وَٱسۡتَغۡفِرُواْ رَبَّكُمۡ ثُمَّ تُوبُوٓاْ إِلَيۡهِۚ إِنَّ رَبِّي رَحِيمٞ وَدُودٞ ٩٠

91. Bamwishuye bati: "Ewe Shu'ayibu! Ntidutahura vyinshi mu vyo utubwira, kandi twebwe mu vy'ukuri, tubona ko wewe uri umuntu usanzwe cane muri twebwe; iyo rero hataba kwubaha umuryango wawe dufise ico dupfana, twokwicishije amabuye, kanatsinda wewe nta cubahiro canke agateka tuguha namba".

قَالُواْ يَٰشُعَيۡبُ مَا نَفۡقَهُ كَثِيرٗا مِّمَّا تَقُولُ وَإِنَّا لَنَرَىٰكَ فِينَا ضَعِيفٗاۖ وَلَوۡلَا رَهۡطُكَ لَرَجَمۡنَٰكَۖ وَمَآ أَنتَ عَلَيۡنَا بِعَزِيزٖ ٩١

قَالَ يَٰقَوۡمِ أَرَهۡطِيٓ أَعَزُّ عَلَيۡكُم مِّنَ ٱللَّهِۖ وَٱتَّخَذۡتُمُوهُ وَرَآءَكُمۡ ظِهۡرِيًّاۖ إِنَّ رَبِّي بِمَا تَعۡمَلُونَ مُحِيطٞ ٩٢

92. Shu'ayibu yabishuye ati: "Emwe bantu banje narungitsweko! Karashize ingani, mwubahe mwubahirize umuryango wanje kurusha Imana Allah, maze muterere amabwirizwa yayo inyuma y'umugongo, ntimube mukiyiyumvira! Mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, mu bumenyi bwayo, ni Muhetuzi w'ivyo mukora vyose;

وَيَٰقَوۡمِ ٱعۡمَلُواْ عَلَىٰ مَكَانَتِكُمۡ إِنِّي عَٰمِلٞۖ سَوۡفَ تَعۡلَمُونَ مَن يَأۡتِيهِ عَذَابٞ يُخۡزِيهِ وَمَنۡ هُوَ كَٰذِبٞۖ وَٱرۡتَقِبُوٓاْ إِنِّي مَعَكُمۡ رَقِيبٞ ٩٣

93. Emwe bantu banje! Nimugire ivyo mugomba uko mubigomba, nanje mu vy'ukuri nshishikara nkora ivyo nategetswe n'Imana Allah, vuba bw'ango muzomenya neza uwuzoshikirwa n'ibihano bisuzuguza, kandi muzomenya umubeshi n'uwutari we hagati yacu. Nimurindire rero ingingo y'Imana Allah ku bigaba canke ku bagororotsi, nanje mu vy'ukuri ndarindiriye hamwe na mwe".

وَلَمَّا جَآءَ أَمۡرُنَا نَجَّيۡنَا شُعَيۡبٗا وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مَعَهُۥ بِرَحۡمَةٖ مِّنَّا وَأَخَذَتِ ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ ٱلصَّيۡحَةُ فَأَصۡبَحُواْ فِي دِيَٰرِهِمۡ جَٰثِمِينَ ٩٤

94. Igihe rero isezerano ryacu Twebwe Allah ryo guhana abantu ba Shu'ayibu ryagera, Twararokoye ku mpuhwe zacu Shu'ayibu n'abemeramana bari kumwe, abirenganije na bo bahitanwe n'igihano c'akaruru kaziba amatwi gaturutse hejuru, bazinduka bose mu mazu yabo bahonye, ari ibiziga vyibereye aho;

كَأَن لَّمۡ يَغۡنَوۡاْ فِيهَآۗ أَلَا بُعۡدٗا لِّمَدۡيَنَ كَمَا بَعِدَتۡ ثَمُودُ ٩٥

95. Wamengo ni nk'aho batigeze babaho. Bantu, nimwumve mwumvireho! Haragahona abantu bo muri Madiyana nk'uko hahonye Bene Thamuudi, na kare bose barimonogoje mu butumva!

وَلَقَدۡ أَرۡسَلۡنَا مُوسَىٰ بِـَٔايَٰتِنَا وَسُلۡطَٰنٖ مُّبِينٍ ٩٦

96. Ni ukuri, Twaranarungikanye Musa ivyemezo vya Aayah zacu hamwe n'ikindi cemezo kigaragaza ko Imana Allah ari Imwe Rudende;

إِلَىٰ فِرۡعَوۡنَ وَمَلَإِيْهِۦ فَٱتَّبَعُوٓاْ أَمۡرَ فِرۡعَوۡنَۖ وَمَآ أَمۡرُ فِرۡعَوۡنَ بِرَشِيدٖ ٩٧

97. Twamurungitse kwa Firawuni n'abunganizi biwe, maze Firawuni aragarariza ategeka n'abantu biwe ko bagarariza, maze baramwumvira bagarariza Musa. Kira noneho! Itegeko rya Firawuni ntiryari ribereye namba, eka nta n'uburongozi namba bwarimwo.

يَقۡدُمُ قَوۡمَهُۥ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ فَأَوۡرَدَهُمُ ٱلنَّارَۖ وَبِئۡسَ ٱلۡوِرۡدُ ٱلۡمَوۡرُودُ ٩٨

98. Firawuni rero azoja imbere ashoreranye n'abantu biwe ku musi w'izuka gushika abinjize mu muriro. Ni bubi cane ubwinjiriro buzobashikana mu muriro;

وَأُتۡبِعُواْ فِي هَٰذِهِۦ لَعۡنَةٗ وَيَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِۚ بِئۡسَ ٱلرِّفۡدُ ٱلۡمَرۡفُودُ ٩٩

99. Bakurikijwe imivumo y'Imana Allah kuri iyi si inyuma yo gusomeshwa nturi, ku musi w'izuka na ho nyene bazovumwa binjizwe no mu muriro udahera. Urwo rutavanako rw'imivumo n'ibihano rero, ni rubi cane.

ذَٰلِكَ مِنۡ أَنۢبَآءِ ٱلۡقُرَىٰ نَقُصُّهُۥ عَلَيۡكَۖ مِنۡهَا قَآئِمٞ وَحَصِيدٞ ١٠٠

100. Ntumwa y'Imana! Izo rero ni inkuru zo muri kahise Tuguciriyeko agace, zerekeye uducimbiri Twahanye Tugahonya. Muri nya ducimbiri rero, harimwo utugifise ibisigarira biranga kahise katwo, hari n'utwahonejwe ata n'igisigarira kihabazwa.

101. Ntitwigeze Tubarenganya namba kuri iryo honya, ariko ni bo birenganije kw'ibangikanyamana ryabo no kugenzwa n'ubwononyi kw'isi, imana zabo rero basenga mu gishingo c'Imana Allah, nta co zabamariye ngo zibatabare igihe isezerano ry'Imana yawe Rurema Allah ryo kubahonya ryagera, eka nta n'ico zabongerereje kiretse agahombo no guhanwa.

وَمَا ظَلَمْنَٰهُمْ وَلَٰكِن ظَلَمُوٓاْ أَنفُسَهُمْۖ فَمَآ أَغْنَتْ عَنْهُمْ ءَالِهَتُهُمُ ٱلَّتِى يَدْعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ مِن شَىْءٍ لَّمَّا جَآءَ أَمْرُ رَبِّكَۖ وَمَا زَادُوهُمْ غَيْرَ تَتْبِيبٍ ﴿١٠١﴾

102. Ni nk'uko nyene rero Imana yawe Rurema Allah - Yahanye uducimbiri tw'abagararije - Ihana abandi baba mu tundi ducimbiri iyo bimonogoje mw'igarariza ry'Imana Allah n'Intumwa zayo. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irahana Igahasha.

وَكَذَٰلِكَ أَخْذُ رَبِّكَ إِذَآ أَخَذَ ٱلْقُرَىٰ وَهِىَ ظَٰلِمَةٌۚ إِنَّ أَخْذَهُۥٓ أَلِيمٌ شَدِيدٌ ﴿١٠٢﴾

103. Mu vy'ukuri, mw'ihanwa ry'utwo ducimbiri, ni ukuri harimwo inkebuzo kuri uwo wese atinya ibihano vy'Imana Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa, umusi hegeranijwe abantu kugira baharurirwe, maze bahemberwe ivyo bakoze, ni n'umusi ibiremwa vyose bizokwibonera.

إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَةً لِّمَنْ خَافَ عَذَابَ ٱلْءَاخِرَةِۚ ذَٰلِكَ يَوْمٌ مَّجْمُوعٌ لَّهُ ٱلنَّاسُ وَذَٰلِكَ يَوْمٌ مَّشْهُودٌ ﴿١٠٣﴾

104. Burya ntitubarindirije umusi w'izuka atari ukugira ngo umwe wese aheze ikiringo yategekanirijwe kuba kw'isi, nticunguruzwa kandi ntigisubizwa inyuma.

وَمَا نُؤَخِّرُهُۥٓ إِلَّا لِأَجَلٍ مَّعْدُودٍ ﴿١٠٤﴾

105. Igihe rero umusi w'izuka wageze, nta kiremwa na kimwe kizogira ico kivuze kiretse ku burenganzira gihawe n'Imana Allah; burya mu biremwa, harimwo abagotse bategerezwa guhanwa, hakabamwo n'intore zitegerezwa gushimirwa;

يَوْمَ يَأْتِ لَا تَكَلَّمُ نَفْسٌ إِلَّا بِإِذْنِهِۦۚ فَمِنْهُمْ شَقِىٌّ وَسَعِيدٌ ﴿١٠٥﴾

106. Abagotse rero kw'isi, umuriro ni bwo buhaniro bwabo, bazohezagurika cane bari muri wo bitewe n'ibihano bikaze;

فَأَمَّا ٱلَّذِينَ شَقُواْ فَفِى ٱلنَّارِ لَهُمْ فِيهَا زَفِيرٌ وَشَهِيقٌ ﴿١٠٦﴾

107. Bazowubamwo ibihe bidahera mu gihe cose hazoba hakiri ijuru n'isi[1], kiretse igihe Imana yawe Rurema Allah Yashatse gutezurira ibigaba mu bemeramana, Igaheza Ikabakura muri wo. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, Imana yawe Rurema Allah Ikora ivyo Ishaka.

خَٰلِدِينَ فِيهَا مَا دَامَتِ ٱلسَّمَٰوَٰتُ وَٱلْأَرْضُ إِلَّا مَا شَآءَ رَبُّكَۚ إِنَّ رَبَّكَ فَعَّالٌ لِّمَا يُرِيدُ ﴿١٠٧﴾

108. Nayo intore mu biremwa, zizokwinjira mu Bwami bw'ijuru, zizobubamwo ibihe bidahera mu gihe cose hazoba hakiri ijuru n'isi, kiretse abo Imana yawe Rurema Allah Izoshaka gucereza mu bigaba vy'abemeramana, bakabanza guca mu muriro. Imana Allah Izoheza rero Ibahe mu Bwami bw'ijuru impano y'ivyiza vyamaho.

۞ وَأَمَّا ٱلَّذِينَ سُعِدُواْ فَفِى ٱلْجَنَّةِ خَٰلِدِينَ فِيهَا مَا دَامَتِ ٱلسَّمَٰوَٰتُ وَٱلْأَرْضُ إِلَّا مَا شَآءَ رَبُّكَ عَطَآءً غَيْرَ مَجْذُوذٍ ﴿١٠٨﴾

[1] Amajuru n'isi bivugwa ng'aha, ni amajuru n'isi vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, aho aya majuru n'isi vyo mu buzima bwo kw'isi, bizosubirizwa ayandi majuru n'isi. Imana Allah Ivuga Iti: "Umusi isi izosubirizwa iyindi si yera nk'umwakaka, n'amajuru agasubirizwa ayandi majuru, maze ibiremwa vyose bigasokoroka mu kuzimu bidora, bikarenguka imbere y'Imana Allah, Nyarudende, Nyeninkomezi-ntangere" (Igisomwa Ibrahimu: 48).

109. Ntumwa y'Imana! Ntukagire amakenga rero ko amasengesho y'ababangikanyamana mu bantu warungitsweko, ari impfagusa; ntibasenga mu bigirwamana kiretse nk'ivyo ba se basenga aho hambere yabo, na Twe Allah mu vy'ukuri, Tuzobaha ibihano Twabasezeraniye ata kigabanijweko na kimwe.

فَلَا تَكُ فِي مِرْيَةٍ مِّمَّا يَعْبُدُ هَٰٓؤُلَآءِۚ مَا يَعْبُدُونَ إِلَّا كَمَا يَعْبُدُ ءَابَآؤُهُم مِّن قَبْلُۚ وَإِنَّا لَمُوَفُّوهُمْ نَصِيبَهُمْ غَيْرَ مَنقُوصٍ ﴿١٠٩﴾

110. Ni ukuri, Musa Twaramuhaye Igitabu ca Tawurati, maze abantu yarungitsweko barahazana ku birimwo; bamwe muri bo baravyemera, abandi na bo barabihakana. Iyo rero hataba isezerano ry'Imana yawe Rurema Allah ryo kutihutira guhana ibiremwa, mu kurindiriza ibihano vy'umwe wese mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni ukuri abagarariji bari guhanwa bagahona maze hagasigara abagororotsi gusa. Mu vy'ukuri, abagarariji mu bayahudi n'ababangikanyamana mu bo warungitsweko, ni ukuri barafise amakenga kuri iyi Qor'ani.

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَا مُوسَى ٱلْكِتَٰبَ فَٱخْتُلِفَ فِيهِۚ وَلَوْلَا كَلِمَةٌ سَبَقَتْ مِن رَّبِّكَ لَقُضِيَ بَيْنَهُمْۚ وَإِنَّهُمْ لَفِي شَكٍّ مِّنْهُ مُرِيبٍ ﴿١١٠﴾

111. Umugwi uwo ari wo wose w'abahazana, nta nkeka ko Imana yawe Rurema Allah Izowuhembera ivyo wakoze ku musi w'izuka. Burya, Imana Allah ivyo mukora vyose Irabizi; ni Muhetuziwavyose, kandi Izobibahembera.

وَإِنَّ كُلًّا لَّمَّا لَيُوَفِّيَنَّهُمْ رَبُّكَ أَعْمَٰلَهُمْۚ إِنَّهُۥ بِمَا يَعْمَلُونَ خَبِيرٌ ﴿١١١﴾

112. Muvugishwamana! Shishikara rero kuba umugororotsi nk'uko wabitegetswe n'Imana Allah, wewe hamwe n'abigaye muri kumwe; kandi ntimukarenge ku mabwirizwa y'Imana Allah, burya Imana Allah, Irabona neza ivyo mukora vyose, ni Nyenukubona.

فَٱسْتَقِمْ كَمَآ أُمِرْتَ وَمَن تَابَ مَعَكَ وَلَا تَطْغَوْاْۚ إِنَّهُۥ بِمَا تَعْمَلُونَ بَصِيرٌ ﴿١١٢﴾

113. Ntimugahengamire ku ruhande rw'abirenganije mu kugarariza ngo muhave mukorwako n'umuriro, nta n'umwe mworonka atari Imana Allah yobahagarikira akabatunganiriza ivyanyu, eka nta n'uwobatabara akabakingira guhanwa.

وَلَا تَرْكَنُوٓاْ إِلَى ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ فَتَمَسَّكُمُ ٱلنَّارُ وَمَا لَكُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ مِنْ أَوْلِيَآءَ ثُمَّ لَا تُنصَرُونَ ﴿١١٣﴾

114. Muvugishwamana! Tsimbataza kandi n'isengesho rikwije ibisabwa mu gitondo no ku mugoroba, no mu gihe c'ijoro. Mu vy'ukuri, ukugira ivyiza guhanagura ibicumuro, ivyo rero ni inkebuzo ku bibuka bagategera;

وَأَقِمِ ٱلصَّلَوٰةَ طَرَفَيِ ٱلنَّهَارِ وَزُلَفًا مِّنَ ٱلَّيْلِۚ إِنَّ ٱلْحَسَنَٰتِ يُذْهِبْنَ ٱلسَّيِّـَٔاتِۚ ذَٰلِكَ ذِكْرَىٰ لِلذَّٰكِرِينَ ﴿١١٤﴾

115. Kandi wihangane mu kwama usenga, wihanganire n'ibangamira ry'ababangikanyamana, kuko Imana Allah ntiyigera Itakaza indishi z'abagwaneza.

وَٱصْبِرْ فَإِنَّ ٱللَّهَ لَا يُضِيعُ أَجْرَ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿١١٥﴾

116. Ese iyo haboneka mu migwi y'ababayeho aho hambere yanyu, abantu b'abagororotsi baguma babuza abandi kugarariza no kugenzwa n'ubwononyi kw'isi! Muri bo rero, ntihigeze haboneka kiretse abantu bake mu bemeramana Twarokoye mu bihano. Abirenganije muri

فَلَوْلَا كَانَ مِنَ ٱلْقُرُونِ مِن قَبْلِكُمْ أُوْلُواْ بَقِيَّةٍ يَنْهَوْنَ عَنِ ٱلْفَسَادِ فِي ٱلْأَرْضِ إِلَّا قَلِيلًا مِّمَّنْ أَنجَيْنَا مِنْهُمْۗ وَٱتَّبَعَ ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ مَآ أُتْرِفُواْ فِيهِ وَكَانُواْ مُجْرِمِينَ ﴿١١٦﴾

nya migwi, bishinze kuryoherwa gusa n'ibihendamaso vy'isi, bari n'abanyavyaha bakwiye guhanwa koko[1].

117. Nta ho vyakabaye ko Imana yawe Rurema Allah Ihana Igahonya agacimbiri ako ari ko kose, mu gihe abakabamwo ari abantu b'intungane, bitwararika no gutunganiriza abandi.

وَمَا كَانَ رَبُّكَ لِيُهْلِكَ ٱلْقُرَىٰ بِظُلْمٍ وَأَهْلُهَا مُصْلِحُونَ ﴿١١٧﴾

118. Iyo rero Imana yawe Rurema Allah Ishaka, Yari gutuma abantu bose baba umugwi umwe, ukurikira idini rimwe ry'ubwislamu. Abantu rero ntibazoreka kwicamwo imigwi;

وَلَوْ شَآءَ رَبُّكَ لَجَعَلَ ٱلنَّاسَ أُمَّةً وَٰحِدَةً وَلَا يَزَالُونَ مُخْتَلِفِينَ ﴿١١٨﴾

119. Kiretse abazogirirwa impuhwe n'Imana yawe Rurema Allah, bakagira amahirwe yo kuyemera. Ni muri iyo ntumbero rero, Imana Allah Yabaremye mu butandukane bwabo, maze umwe wese agahitamwo kimwe: inzira y'ubugororotsi canke iy'ubugaba. Kubera ivyo rero, isezerano ry'ijambo ry'Imana yawe Rurema Allah rizotungana nk'uko Yasezeraniye ibiremwa Iti: "Ni ukuri, nta nkeka ko Nzokwuzuza mu muriro wa Jahannamu ibigaba bizokurikira Ibilisi mu majini no mu bantu".

إِلَّا مَن رَّحِمَ رَبُّكَ ۚ وَلِذَٰلِكَ خَلَقَهُمْ ۗ وَتَمَّتْ كَلِمَةُ رَبِّكَ لَأَمْلَأَنَّ جَهَنَّمَ مِنَ ٱلْجِنَّةِ وَٱلنَّاسِ أَجْمَعِينَ ﴿١١٩﴾

120. Ntumwa y'Imana! Izo rero ni inkuru zerekeye Intumwa zarungitswe aho hambere yawe Tuguciriyeko agace, Tukwiganira ibitsimbataza umushaha wawe ku gushikiriza ukuri ata guhigimanga. Muri iki gisomwa rero, warashikiriwe n'itomora ry'ukuri warungikanwe, inkebuzo ku bagarariji, n'urwibutso ku bemeramana.

كُلًّا نَّقُصُّ عَلَيْكَ مِنْ أَنۢبَآءِ ٱلرُّسُلِ مَا نُثَبِّتُ بِهِۦ فُؤَادَكَ ۚ وَجَآءَكَ فِى هَٰذِهِ ٱلْحَقُّ وَمَوْعِظَةٌ وَذِكْرَىٰ لِلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٢٠﴾

121. Ntumwa y'Imana! Bwira rero abatemera Imana Imwe Rudende Allah uti: "Nimukore ivyo mukora vyose uko muvyipfuza mu kubangamira Intumwa n'abemeramana, na twe nyene dukora ivyo dukora vyose twubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah;

وَقُل لِّلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ ٱعْمَلُوا۟ عَلَىٰ مَكَانَتِكُمْ إِنَّا عَٰمِلُونَ ﴿١٢١﴾

122. Muheze murindire kubona iherezo ryacu, mu vy'ukuri na twe ni nk'ukwo nyene turarindiriye kubona iherezo ryanyu".

وَٱنتَظِرُوٓا۟ إِنَّا مُنتَظِرُونَ ﴿١٢٢﴾

123. Ubumenyi bw'ibinyegejwe ibiremwa mu majuru no mw'isi, ni ubw'Imana Allah, impera n'imperuka vyose bizosubizwa kuri Yo ku musi w'izuka. Muvugishwamana! Kubera ivyo rero, shishikara kuyiyegereza mu vyo ukora vyose unayisenge utayibangikanya, wongere uyishimikize muri vyose, uyizere. Burya Imana yawe Rurema Allah, ntiyirengagiza na kimwe mu vyo mukora, kandi Izobibahembera.

وَلِلَّهِ غَيْبُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَإِلَيْهِ يُرْجَعُ ٱلْأَمْرُ كُلُّهُۥ فَٱعْبُدْهُ وَتَوَكَّلْ عَلَيْهِ ۚ وَمَا رَبُّكَ بِغَٰفِلٍ عَمَّا تَعْمَلُونَ ﴿١٢٣﴾

[1] Iyi Aayah irakebura ibigaba mu bislamu bidahesha mu kwirenganya.

12. Yuusuf (Intumwa Yusufu)
Aayah 111, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

الٓرۚ تِلۡكَ ءَايَٰتُ ٱلۡكِتَٰبِ ٱلۡمُبِينِ ١

1. Alif Laam Raa[1]. Izi ni Aayah z'Igitabu Qor'ani gitomoye neza, mu nsiguro, mu ngingo z'ibirekuwe n'ibizira no mu burongozi bwaco.

إِنَّآ أَنزَلۡنَٰهُ قُرۡءَٰنًا عَرَبِيّٗا لَّعَلَّكُمۡ تَعۡقِلُونَ ٢

2. Mu vy'ukuri, Twebwe Allah Twamanuye Qor'ani mu rurimi rw'icarabu kugira mutahure mubone kwubahiriza ibirimwo.

نَحۡنُ نَقُصُّ عَلَيۡكَ أَحۡسَنَ ٱلۡقَصَصِ بِمَآ أَوۡحَيۡنَآ إِلَيۡكَ هَٰذَا ٱلۡقُرۡءَانَ وَإِن كُنتَ مِن قَبۡلِهِۦ لَمِنَ ٱلۡغَٰفِلِينَ ٣

3. Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah Tugucira agace ku vyabaye Tukabiguhishurira muri Qor'ani, nta n'ico wari ubiziko imbere yuko Tuguhishurira Tukabikwiganira.

إِذۡ قَالَ يُوسُفُ لِأَبِيهِ يَٰٓأَبَتِ إِنِّي رَأَيۡتُ أَحَدَ عَشَرَ كَوۡكَبٗا وَٱلشَّمۡسَ وَٱلۡقَمَرَ رَأَيۡتُهُمۡ لِي سَٰجِدِينَ ٤

4. Ntumwa y'Imana! Iganira abantu warungitsweko ijambo Yusufu yabwiye se ati: "Da! Ni ukuri, narose mbona inyenyeri cumi n'imwe, izuba hamwe n'ukwezi, narose mbona vyose binyubamira[2]".

قَالَ يَٰبُنَيَّ لَا تَقۡصُصۡ رُءۡيَاكَ عَلَىٰٓ إِخۡوَتِكَ فَيَكِيدُواْ لَكَ كَيۡدًاۖ إِنَّ ٱلشَّيۡطَٰنَ لِلۡإِنسَٰنِ عَدُوّٞ مُّبِينٞ ٥

5. Se yamwishuye ati: "Mwananje Yusufu! Iyi ndoto warose, ntuhirahire ngo uyiganire barumunawe kuko bohava bagusharika, maze bagakoresha urwenge mu kukurwanya, mu vy'ukuri shetani, ni umwansi agaragara kuri kiremwa-muntu;

وَكَذَٰلِكَ يَجۡتَبِيكَ رَبُّكَ وَيُعَلِّمُكَ مِن تَأۡوِيلِ ٱلۡأَحَادِيثِ وَيُتِمُّ نِعۡمَتَهُۥ عَلَيۡكَ وَعَلَىٰٓ ءَالِ يَعۡقُوبَ كَمَآ أَتَمَّهَا عَلَىٰٓ أَبَوَيۡكَ مِن قَبۡلُ إِبۡرَٰهِيمَ وَإِسۡحَٰقَۚ إِنَّ رَبَّكَ عَلِيمٌ حَكِيمٞ ٦

6. Ni nk'uko nyene rero Imana yawe Rurema Allah - Yakweretse iyo ndoto - Igutora Ikakwigisha kurotorera abantu indoto babona, Igaheza Ikagukwiriza inema yo guhabwa ubutumwa, wewe hamwe n'uruvyaro rwa Yakubu; nk'uko Yakwirije iyo nema yo guhabwa ubutumwa ba so, ari bo Ibrahimu na Is-haka. Mu vy'ukuri, Imana yawe Rurema Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora".

لَّقَدۡ كَانَ فِي يُوسُفَ وَإِخۡوَتِهِۦٓ ءَايَٰتٞ لِّلسَّآئِلِينَ ٧

7. Ni ukuri, mu vyashikiye Yusufu na barumunawe, harimwo ivyemezo vyereka ababaza ku nkuru zabo, ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah;

إِذۡ قَالُواْ لَيُوسُفُ وَأَخُوهُ أَحَبُّ إِلَىٰٓ أَبِينَا مِنَّا وَنَحۡنُ عُصۡبَةٌ إِنَّ أَبَانَا لَفِي ضَلَٰلٖ مُّبِينٍ ٨

8. Igihe benewabo kuri se bavugana hagati yabo bati: "Ni ukuri, Yusufu na murumunawe[3] barakundwa cane na data kuturusha kandi ari twebwe turi benshi. Mu vy'ukuri, data agira ikosa rigaragara;

---

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.
[2] Iyi ndoto, yabura inkuru nziza ku cubahiro n'iteka ridasanzwe Yusufu yahawe kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.
[1] Mwenewabo bavukana kuri se na nyina.

9. Kubera ivyo rero, enda nyabuna, nimwice Yusufu, canke mumute mu gahinga ka nyaganande, maze musigare mwihagiye urukundo rwa so wanyu. Mu nyuma y'aho rero, muzoheza mwigaye kuri ico caha, mube aberanda".

ٱقْتُلُواْ يُوسُفَ أَوِ ٱطْرَحُوهُ أَرْضًا يَخْلُ لَكُمْ وَجْهُ أَبِيكُمْ وَتَكُونُواْ مِنۢ بَعْدِهِۦ قَوْمًا صَٰلِحِينَ ﴿٩﴾

10. Umwe muri bo yavuze ati: "Ntimuhirahire ngo mwice Yusufu, mwopfuma mumuta mu kinogo kirekire, akazotorwa na bamwe mu barengana nimwaba mushaka koko kumwikiza".

قَالَ قَآئِلٌ مِّنْهُمْ لَا تَقْتُلُواْ يُوسُفَ وَأَلْقُوهُ فِى غَيَٰبَتِ ٱلْجُبِّ يَلْتَقِطْهُ بَعْضُ ٱلسَّيَّارَةِ إِن كُنتُمْ فَٰعِلِينَ ﴿١٠﴾

11. Bamaze gupfundika uwo mugambi mubi, benewabo bavuze babwira se bati: "Da! Mbega ni kuki utatwizera kuri Yusufu, kandi twebwe mu vy'ukuri tumwumvira impuhwe, tukanamuhanura!;

قَالُواْ يَٰٓأَبَانَا مَا لَكَ لَا تَأْمَنَّا عَلَىٰ يُوسُفَ وَإِنَّا لَهُۥ لَنَٰصِحُونَ ﴿١١﴾

12. Ejo aho bukera, uramureka tujane kuragira, aryoherwe yongere akine, twebwe mu vy'ukuri tuzomucungera, nta kibi kizomushikira nk'uko uvyibaza!".

أَرْسِلْهُ مَعَنَا غَدًا يَرْتَعْ وَيَلْعَبْ وَإِنَّا لَهُۥ لَحَٰفِظُونَ ﴿١٢﴾

13. Yakubu yababwiye ati: "Jewe mu vy'ukuri, notuntuzwa ku mutima n'uko mumujanye kuragira, ndanatinya ko imbwebwe yomurya mu gihe mwosamara!".

قَالَ إِنِّى لَيَحْزُنُنِىٓ أَن تَذْهَبُواْ بِهِۦ وَأَخَافُ أَن يَأْكُلَهُ ٱلذِّئْبُ وَأَنتُمْ عَنْهُ غَٰفِلُونَ ﴿١٣﴾

14. Ni ho rero bamubwira bati: "Mu gihe yoribwa n'imbwebwe kandi na twe turi benshi dushoboye kumukingira, ni ukuri nta co twoba tumaze";

قَالُواْ لَئِنْ أَكَلَهُ ٱلذِّئْبُ وَنَحْنُ عُصْبَةٌ إِنَّآ إِذًا لَّخَٰسِرُونَ ﴿١٤﴾

15. Yakubu yahavuye amurekura baraheza barajana. Ni ho rero bagenda bamujanye, baca bumvikana ko bamuterera mu kinogo kirekire. Twaranahishuriye Yusufu rero Duti: "Ni ukuri, umusi umwe uzobabwira ivyo bagukoreye, igihe bazoba batakivyibuka".

فَلَمَّا ذَهَبُواْ بِهِۦ وَأَجْمَعُوٓاْ أَن يَجْعَلُوهُ فِى غَيَٰبَتِ ٱلْجُبِّ ۚ وَأَوْحَيْنَآ إِلَيْهِ لَتُنَبِّئَنَّهُم بِأَمْرِهِمْ هَٰذَا وَهُمْ لَا يَشْعُرُونَ ﴿١٥﴾

16. Bumaze kugoroba, ni ho baza kwa se biyuha iryosozi;

وَجَآءُوٓ أَبَاهُمْ عِشَآءً يَبْكُونَ ﴿١٦﴾

17. Bati: "Da! Mu vy'ukuri, twagiye gusiganwa turasa n'imyampi, maze dusiga Yusufu aho twashize ibikoresho vyacu, mu kanya isase imbwebwe ica iramurya, kandi wewe ntushobora kutwemera mu vyo tuvuga n'aho twoba turi imvugakuri".

قَالُواْ يَٰٓأَبَانَآ إِنَّا ذَهَبْنَا نَسْتَبِقُ وَتَرَكْنَا يُوسُفَ عِندَ مَتَٰعِنَا فَأَكَلَهُ ٱلذِّئْبُ ۖ وَمَآ أَنتَ بِمُؤْمِنٍ لَّنَا وَلَوْ كُنَّا صَٰدِقِينَ ﴿١٧﴾

18. Baje bafise ikanzu yiwe, iriko n'amaraso y'ikinyoma, kuko nya kanzu ata ho yari yigeze inatabuka. Yakubu yabishuye ati: "Ihibambewe! Si nk'uko mubivuga, ahubwo umutima-nama wanyu wabaryohereje gukorera ikibi Yusufu. Kubera ivyo rero, mbandanya nihangana kuko ata we ndiko ndaganyira mu biremwa ku vyabaye, nifashishije Imana Allah mu kwihanganira ivyo muvuze".

وَجَآءُو عَلَىٰ قَمِيصِهِۦ بِدَمٍ كَذِبٍ ۚ قَالَ بَلْ سَوَّلَتْ لَكُمْ أَنفُسُكُمْ أَمْرًا ۖ فَصَبْرٌ جَمِيلٌ ۖ وَٱللَّهُ ٱلْمُسْتَعَانُ عَلَىٰ مَا تَصِفُونَ ﴿١٨﴾

19. Hahavuye rero haza abantu barengana, maze barungika umuntu umwe muri bo ngo aje kuvoma. Nya muntu araheza aterera indobo mu kinogo kirekire c'iriba,

وَجَآءَتْ سَيَّارَةٌ فَأَرْسَلُواْ وَارِدَهُمْ فَأَدْلَىٰ دَلْوَهُۥ ۖ قَالَ يَٰبُشْرَىٰ هَٰذَا غُلَٰمٌ ۚ وَأَسَرُّوهُ

بِضَٰعَةٖۖ وَٱللَّهُ عَلِيمُۢ بِمَا يَعۡمَلُونَ ١٩

Yusufu aca arayifata arayenenako, wa muntu agize ngo aramubona, aca avuga n'akanyamuneza n'akantu ati: "Ehe yemwe ikibondo kiri hano!". Inkuru y'itorwa rya Yusufu, abari kumwe n'uwo muntu ku rugendo bayigize nk'akamizwe n'ingoma, bati: "Uyu ni ikidandazwa twibangikanije!". Burya Imana Allah, Irazi neza ivyo bakora kuri Yusufu.

وَشَرَوۡهُ بِثَمَنِۭ بَخۡسٖ دَرَٰهِمَ مَعۡدُودَةٖ وَكَانُواْ فِيهِ مِنَ ٱلزَّٰهِدِينَ ٢٠

20. Benewabo rero, bamaze kubona ko Yusufu akuwe muri nya kinogo, baraheza baramugurisha ku barengana bamutoye, maze agurwa ku giciro gicirirtse c'amadirhamu make, ivyo vyose bakabigira kugira ngo abaveko ku kutamenya icubahiro ciwe ku Mana Allah.

وَقَالَ ٱلَّذِي ٱشۡتَرَىٰهُ مِن مِّصۡرَ لِٱمۡرَأَتِهِۦٓ أَكۡرِمِي مَثۡوَىٰهُ عَسَىٰٓ أَن يَنفَعَنَآ أَوۡ نَتَّخِذَهُۥ وَلَدٗاۚ وَكَذَٰلِكَ مَكَّنَّا لِيُوسُفَ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَلِنُعَلِّمَهُۥ مِن تَأۡوِيلِ ٱلۡأَحَادِيثِۚ وَٱللَّهُ غَالِبٌ عَلَىٰٓ أَمۡرِهِۦ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعۡلَمُونَ ٢١

21. Bamaze kumushikana muri Misiri, yaguzwe n'umushikirangoma wa Misiri, maze aca abwira umugore wiwe ati: "Mwakire neza umurere, hari n'aho yogira ico atumariye, canke tukamugira umwana wacu". Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twarokoye Yusufu, Tukamushira mu muryango w'umutware wa Misiri akamwitaho - Twahavuye Dutsimbataza Yusufu ku ntwaro muri Misiri Tumugira umunyabigega, Tunamwigisha kurotora indoto kugira ashobore gutegekanya kazoza keza. Burya Imana Allah, ni Yo Iganza muri vyose, ariko abenshi mu bantu nta vyo bazi.

وَلَمَّا بَلَغَ أَشُدَّهُۥٓ ءَاتَيۡنَٰهُ حُكۡمٗا وَعِلۡمٗاۚ وَكَذَٰلِكَ نَجۡزِي ٱلۡمُحۡسِنِينَ ٢٢

22. Yusufu rero amaze kugera mu bigero, Twaramuhaye gutomora ingingo, Tumwigisha n'ubumenyi. Ni nk'ukwo nyene rero Twebwe Allah Twahemvye Yusufu, Duhemba abagwaneza[1].

وَرَٰوَدَتۡهُ ٱلَّتِي هُوَ فِي بَيۡتِهَا عَن نَّفۡسِهِۦ وَغَلَّقَتِ ٱلۡأَبۡوَٰبَ وَقَالَتۡ هَيۡتَ لَكَۚ قَالَ مَعَاذَ ٱللَّهِۖ إِنَّهُۥ رَبِّيٓ أَحۡسَنَ مَثۡوَايَۖ إِنَّهُۥ لَا يُفۡلِحُ ٱلظَّٰلِمُونَ ٢٣

23. Umugore w'umushikirangoma yarahamagaye Yusufu mu bwitonzi nta ngere amwinginga, maze arahanjagira imiryango, aca amubwira ati: "Ingo ndakwihaye!"; Yusufu na we amwishura ati: "Ndikinze ku Mana Allah, Inkingire gukora ivyo wipfuza, ni ukuri umutware wanje yanteye iteka ryo kuba ng'aha, sinomuhemukira, burya abirenganya mu gukora ivyo batarekuriwe, ntibaroranirwa mu buzima";

وَلَقَدۡ هَمَّتۡ بِهِۦۖ وَهَمَّ بِهَا لَوۡلَآ أَن رَّءَا بُرۡهَٰنَ رَبِّهِۦۚ كَذَٰلِكَ لِنَصۡرِفَ عَنۡهُ ٱلسُّوٓءَ وَٱلۡفَحۡشَآءَۚ إِنَّهُۥ مِنۡ عِبَادِنَا ٱلۡمُخۡلَصِينَ ٢٤

24. Ni ukuri, nya mugore yari yamwihaye koko, Yusufu na we nyene agatima karakubise, maze aca ahakurwa n'inkebuzo y'Imana yiwe Rurema Allah imutururuza. Ni ukwo rero Twamweretse iyo nkebuzo, kugira Twamirire kure ikibi n'ingeso mbi mu buzima bwiwe bwose, mu vy'ukuri Yusufu ari mu baja bacu bejejwe, bakora ivyo bakora ku bwacu.

[1] Iyi Aayah iraremesha Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe n'abagwaneza bose.

25. Ni ho rero Yusufu yatanguranwa na nya mugore ku muryango kugira asohoke, wa mugore agize ngo aramukwega, ikanzu yiwe ica itabuka mu mugongo, wa mugore aho nyene aca atubiranira n'umugabo wiwe ku muryango, aca aramwitanga arinamura n'ishavu n'akantu ati: "Umuntu ashaka kukurengera ibigo, akwiye ikihe gihano, atari ukuja mw'ibohero, canke agahabwa igihano kibabaza!".

وَٱسْتَبَقَا ٱلْبَابَ وَقَدَّتْ قَمِيصَهُۥ مِن دُبُرٍ وَأَلْفَيَا سَيِّدَهَا لَدَا ٱلْبَابِ ۚ قَالَتْ مَا جَزَآءُ مَنْ أَرَادَ بِأَهْلِكَ سُوٓءًا إِلَّآ أَن يُسْجَنَ أَوْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٢٥﴾

26. Yusufu araheza ariregura ati: "Nyabuna, ni we yanyinginze, aranyipfuza". Ni ho rero hatura umwana akiri uruyoya yari arerewe mu muryango wa nya mugore, maze abera icabona Yusufu, avuga ati: "Nimurabe ikanzu ya Yusufu, niyaba yatabutse ku gikiriza, uyo mugore azoba yavuze ukuri ku vyo yagiriza Yusufu; Yusufu na we muri ico gihe, azoba ari mu babeshi;

قَالَ هِىَ رَٰوَدَتْنِى عَن نَّفْسِى ۚ وَشَهِدَ شَاهِدٌ مِّنْ أَهْلِهَآ إِن كَانَ قَمِيصُهُۥ قُدَّ مِن قُبُلٍ فَصَدَقَتْ وَهُوَ مِنَ ٱلْكَٰذِبِينَ ﴿٢٦﴾

27. Hamwe naho ikanzu ya Yusufu yoba yatabutse mu mugongo, uyo mugore azoba yabesheye Yusufu; Yusufu na we muri ico gihe, azoba ari mu mvugakuri".

وَإِن كَانَ قَمِيصُهُۥ قُدَّ مِن دُبُرٍ فَكَذَبَتْ وَهُوَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ﴿٢٧﴾

28. Umugabo wa wa mugore, amaze kubona ko ikanzu ya Yusufu yatabutse mu mugongo, yaciye amenya ko Yusufu ata kimwagira, maze aca abwira umugore wiwe ati: "Icabaye, ni uko washatse kumutega umutego, mu vy'ukuri mwebwe abagore imitego yanyu irahambaye".

فَلَمَّا رَءَا قَمِيصَهُۥ قُدَّ مِن دُبُرٍ قَالَ إِنَّهُۥ مِن كَيْدِكُنَّ ۖ إِنَّ كَيْدَكُنَّ عَظِيمٌ ﴿٢٨﴾

29. Yaciye ahindukira abwira Yusufu ati: "Yusu! Irengagize ivyabaye umbikire akabanga, ntihagire n'umwe uzovyiganira". Aca agaruka kuri nya mugore amuhanura ati: "Saba ikigongwe ku caha cawe, mu vy'ukuri uri mu bantu bakosheje mu kwambika ibara Yusufu".

يُوسُفُ أَعْرِضْ عَنْ هَٰذَا ۚ وَٱسْتَغْفِرِى لِذَنۢبِكِ ۖ إِنَّكِ كُنتِ مِنَ ٱلْخَاطِـِٔينَ ﴿٢٩﴾

30. Iyo nkuru y'ukwambikwa ibara Yusufu yarakwiragiye hose, maze abagore bo mu gisagara bavuga banebagura nya mugore bati: "Umugore w'umutware wa Misiri koko, akipfuza umuyabaga wiwe! Emwee! Yari yamaze kurengerwa n'urukundo pe! Ni ukuri, twebwe tubona ko uyo mugore yakosheje ikosa rigaragara".

۞ وَقَالَ نِسْوَةٌ فِى ٱلْمَدِينَةِ ٱمْرَأَتُ ٱلْعَزِيزِ تُرَٰوِدُ فَتَىٰهَا عَن نَّفْسِهِۦ ۖ قَدْ شَغَفَهَا حُبًّا ۖ إِنَّا لَنَرَىٰهَا فِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٣٠﴾

31. Umugore w'umutware wa Misiri, amaze kwumva ukuntu ariko yandagazwa n'abagore bo mu gisagara, yahavuye abatumira iwe, abakirira ahari ubwugamo bubereye, abategurira n'imfungurwa, araheza aha imbugita umwe wese muri bo ngo bamufashe guhwata ivyo bakinjika. Ni ho rero yabwira Yusufu ati: "Sohoka". Ba bagore bagize ngo bakubise ijisho Yusufu, bose baguye mu gahundwe ku kuntu yasa n'irirenga, batangura kwikomeretsa ku maboko batumva, baca bavuga batangara bati: "Emwegayee! Ubwiza burama! Ese ubwiza yahawe n'Imana Allah! Eka uyu muntu ntakomoka

فَلَمَّا سَمِعَتْ بِمَكْرِهِنَّ أَرْسَلَتْ إِلَيْهِنَّ وَأَعْتَدَتْ لَهُنَّ مُتَّكَـًٔا وَءَاتَتْ كُلَّ وَٰحِدَةٍ مِّنْهُنَّ سِكِّينًا وَقَالَتِ ٱخْرُجْ عَلَيْهِنَّ ۖ فَلَمَّا رَأَيْنَهُۥٓ أَكْبَرْنَهُۥ وَقَطَّعْنَ أَيْدِيَهُنَّ وَقُلْنَ حَٰشَ لِلَّهِ مَا هَٰذَا بَشَرًا إِنْ هَٰذَآ إِلَّا مَلَكٌ كَرِيمٌ ﴿٣١﴾

mu bwoko bw'abantu! Uyu muntu ku bwiza afise, ntashobora kuba kiretse ko ari intore y'umumalayika!".

قَالَتْ فَذَٰلِكُنَّ ٱلَّذِى لُمْتُنَّنِى فِيهِ ۖ وَلَقَدْ رَٰوَدتُّهُۥ عَن نَّفْسِهِۦ فَٱسْتَعْصَمَ ۖ وَلَئِن لَّمْ يَفْعَلْ مَآ ءَامُرُهُۥ لَيُسْجَنَنَّ وَلَيَكُونًا مِّنَ ٱلصَّٰغِرِينَ ﴿٣٢﴾

32. Wa mugore w'umutware wa Misiri, amaze kubona ibishikiye ba bagore yatumira, yababwiye yiyeza ati: "Ivyo bibashikiye inyuma y'aho muboneye ubwiza bwa Yusufu, ni vyo nanje vyanshikiye, muntako imiragwe muranyandagaza. Ni ukuri, narageregeje kumwiha ndanamwinginga, ariko yaranyankiye. Hamwe n'ivyo rero, sindashirwa, ni ukuri natankorera ivyo ndamwipfuzako, ategerezwa gushirwa mw'ibohero, kandi ni ukuri azoba mu bantu basuzuguritse".

قَالَ رَبِّ ٱلسِّجْنُ أَحَبُّ إِلَىَّ مِمَّا يَدْعُونَنِىٓ إِلَيْهِ ۖ وَإِلَّا تَصْرِفْ عَنِّى كَيْدَهُنَّ أَصْبُ إِلَيْهِنَّ وَأَكُن مِّنَ ٱلْجَٰهِلِينَ ﴿٣٣﴾

33. Yusufu amaze kubona ko umugore w'umutware wa Misiri adahesha, yaratakamvye ati: "Mana yanje Rurema Allah! Notuma nshirwa mw'ibohero ha gukora ivyo banyipfuzako. Nutanshira kure y'imitego yabo, agatima karashobora gukubita nkaba mu bantu b'inshirasoni".

فَٱسْتَجَابَ لَهُۥ رَبُّهُۥ فَصَرَفَ عَنْهُ كَيْدَهُنَّ ۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْعَلِيمُ ﴿٣٤﴾

34. Imana Rurema Allah Yashotse Yumvira Yusufu, Imukurako imitego yabo. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'ibiremwa; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikorwa n'ibiremwa n'ivyo bizirikana.

ثُمَّ بَدَا لَهُم مِّنۢ بَعْدِ مَا رَأَوُا۟ ٱلْءَايَٰتِ لَيَسْجُنُنَّهُۥ حَتَّىٰ حِينٍ ﴿٣٥﴾

35. Mu nyuma y'aho abatware ba Misiri baboneye ivyemezo vy'uko Yusufu ata na kimwe kimwagira, bafashe ingingo yuko ashirwa mw'ibohero ikiringo kanaka, ku kwanka gukoza ibara umuryango w'umushikirangoma wa Misiri;

وَدَخَلَ مَعَهُ ٱلسِّجْنَ فَتَيَانِ ۖ قَالَ أَحَدُهُمَآ إِنِّىٓ أَرَىٰنِىٓ أَعْصِرُ خَمْرًا ۖ وَقَالَ ٱلْءَاخَرُ إِنِّىٓ أَرَىٰنِىٓ أَحْمِلُ فَوْقَ رَأْسِى خُبْزًا تَأْكُلُ ٱلطَّيْرُ مِنْهُ ۖ نَبِّئْنَا بِتَأْوِيلِهِۦٓ ۖ إِنَّا نَرَىٰكَ مِنَ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٣٦﴾

36. Yusufu rero yahavuye ashirwa mw'ibohero ari kumwe n'iyindi misore ibiri. Umwe muri nya misore avuga ati: "Jewe mu vy'ukuri, narose mbona ndiko ndagana inzoga y'imizabibu". Uwundi na we ati: "Jewe mu vy'ukuri, narose mbona nikoreye imikate, inyoni ziriko zirarya kuri nya mikate". Ya misore imaze kwigana, yaciye ibwira Yusufu iti: "Turotorere rero indoto zacu! Mu vy'ukuri, tubona ko wewe uri mu bagwaneza".

قَالَ لَا يَأْتِيكُمَا طَعَامٌ تُرْزَقَانِهِۦٓ إِلَّا نَبَّأْتُكُمَا بِتَأْوِيلِهِۦ قَبْلَ أَن يَأْتِيَكُمَا ۚ ذَٰلِكُمَا مِمَّا عَلَّمَنِى رَبِّىٓ ۚ إِنِّى تَرَكْتُ مِلَّةَ قَوْمٍ لَّا يُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَهُم بِٱلْءَاخِرَةِ هُمْ كَٰفِرُونَ ﴿٣٧﴾

37. Ni ho Yusufu yishura nya misore ati: "Nta kibabeshaho muzoronka, kiretse ko nshobora kubabwira ico ari co imbere yuko kibashikira. Ukurotora rero kuri mu vyo nigishijwe n'Imana yanje Rurema Allah, jewe mu vy'ukuri nemera Imana Imwe Rudende Allah, naravavanuye n'idini ry'abatayemera, bakanahakana bivuye inyuma izuka n'iharurirwa ry'ibiremwa mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

وَٱتَّبَعْتُ مِلَّةَ ءَابَآءِىٓ إِبْرَٰهِيمَ وَإِسْحَٰقَ وَيَعْقُوبَ ۚ مَا كَانَ لَنَآ أَن نُّشْرِكَ بِٱللَّهِ مِن

38. Nakurikiye idini ry'abavyeyi banje: Ibrahimu, Is-haka na Yakubu. Nta ho vyakabaye ko tubangikanya Imana Allah n'ikintu na kimwe mu biremwa. Ukwo gusenga Imana

Imwe Rudende Allah, ni mu ngabirano zayo kuri twebwe no ku bantu bose, ariko abenshi mu bantu ntibashima inema yo gushobozwa gusenga Imana Imwe Rudende Allah;

شَيۡءٖۚ ذَٰلِكَ مِن فَضۡلِ ٱللَّهِ عَلَيۡنَا وَعَلَى ٱلنَّاسِ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَشۡكُرُونَ ٣٨

39. Bagenzanje dupfunganwe! Mbega burya gusenga imana zitandukanye zaremwe, ni vyo vyiza gusumba gusenga Imana Allah, Nyarudende, Nyeninkomezi-ntangere!

يَٰصَٰحِبَيِ ٱلسِّجۡنِ ءَأَرۡبَابٞ مُّتَفَرِّقُونَ خَيۡرٌ أَمِ ٱللَّهُ ٱلۡوَٰحِدُ ٱلۡقَهَّارُ ٣٩

40. Ntimwiyegereza mu vyo mukora vyose mu gusenga mu gishingo c'Imana Allah, kiretse amazina y'ibintu mwafashe mukayita imana, mwebwe hamwe na ba so. Imana Allah ntiyigeze Imanura icemezo c'uko mwobisenga; nta ngingo y'ukuri yokwubahwa kiretse ingingo y'Imana Allah, Yategetse ko mutosenga izindi mana atari Yo Yonyene gusa mukwiye gusenga mutayibangikanya. Iryo rero, ni ryo dini rigororotse, ariko rero abenshi mu bantu ntibazi ukwo kuri;

مَا تَعۡبُدُونَ مِن دُونِهِۦٓ إِلَّآ أَسۡمَآءٗ سَمَّيۡتُمُوهَآ أَنتُمۡ وَءَابَآؤُكُم مَّآ أَنزَلَ ٱللَّهُ بِهَا مِن سُلۡطَٰنٍۚ إِنِ ٱلۡحُكۡمُ إِلَّا لِلَّهِۚ أَمَرَ أَلَّا تَعۡبُدُوٓاْ إِلَّآ إِيَّاهُۚ ذَٰلِكَ ٱلدِّينُ ٱلۡقَيِّمُ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعۡلَمُونَ ٤٠

41. Bagenzanje dupfunganwe! Reka rero ndabarotorere indoto zanyu. Uwarose abona ariko aragana inzoga y'imizabibu, uyo azoteba ave mw'ibohero, aje kuba umusuku ku mwami. Nayo uwarose abona yikoreye imikate, inyoni ziriko zirarya kuri nya mikate, uyo azohava yicwa abambwe, maze inyoni zimurye ku mutwe. Insiguro y'ishirwa mu ngiro ku vyo mwambajije rero, ni iyo".

يَٰصَٰحِبَيِ ٱلسِّجۡنِ أَمَّآ أَحَدُكُمَا فَيَسۡقِي رَبَّهُۥ خَمۡرٗاۖ وَأَمَّا ٱلۡأٓخَرُ فَيُصۡلَبُ فَتَأۡكُلُ ٱلطَّيۡرُ مِن رَّأۡسِهِۦۖ قُضِيَ ٱلۡأَمۡرُ ٱلَّذِي فِيهِ تَسۡتَفۡتِيَانِ ٤١

42. Yusufu yaciye abwira uwo yarotoreye muri bo ko azorusimba ati: "Niwaramuka ugiye ku kirimba, urabwira sobuja ko narenganijwe". Shetani yaribagije wa musore kuvugira Yusufu, Yusufu araheza amara imyaka itari mike mw'ibohero.

وَقَالَ لِلَّذِي ظَنَّ أَنَّهُۥ نَاجٖ مِّنۡهُمَا ٱذۡكُرۡنِي عِندَ رَبِّكَ فَأَنسَىٰهُ ٱلشَّيۡطَٰنُ ذِكۡرَ رَبِّهِۦ فَلَبِثَ فِي ٱلسِّجۡنِ بِضۡعَ سِنِينَ ٤٢

43. Haciye imyaka, umwami yavuze ati: "Jewe mu vy'ukuri, narose mbona inka indwi zinuze, ziriko ziraribwa n'izindi nka indwi zinamvye. Mbona n'amashami indwi atotahaye hamwe n'ayandi mashami indwi yumaganye. Bunganizi banje! Nimundotorere iyi ndoto nimwaba muzi koko kurotora!".

وَقَالَ ٱلۡمَلِكُ إِنِّيٓ أَرَىٰ سَبۡعَ بَقَرَٰتٖ سِمَانٖ يَأۡكُلُهُنَّ سَبۡعٌ عِجَافٞ وَسَبۡعَ سُنۢبُلَٰتٍ خُضۡرٖ وَأُخَرَ يَابِسَٰتٖۖ يَٰٓأَيُّهَا ٱلۡمَلَأُ أَفۡتُونِي فِي رُءۡيَايَ إِن كُنتُمۡ لِلرُّءۡيَا تَعۡبُرُونَ ٤٣

44. Bamwishuye bati: "Indoto yawe, ni nko kurazirana, nta nsiguro ifise, kandi burya twebwe ntituzi cane kurotora indoto".

قَالُوٓاْ أَضۡغَٰثُ أَحۡلَٰمٖۖ وَمَا نَحۡنُ بِتَأۡوِيلِ ٱلۡأَحۡلَٰمِ بِعَٰلِمِينَ ٤٤

45. Wa muntu yarusimba, ni ho yibuka inyuma y'imyaka itari mike ivyo basezeranye na Yusufu, aca avuga ati: "Jewe ndashobora kubarotorera iyi ndoto, nimundungike kwa Yusufu mw'ibohero".

وَقَالَ ٱلَّذِي نَجَا مِنۡهُمَا وَٱدَّكَرَ بَعۡدَ أُمَّةٍ أَنَا۠ أُنَبِّئُكُم بِتَأۡوِيلِهِۦ فَأَرۡسِلُونِ ٤٥

يُوسُفُ أَيُّهَا ٱلصِّدِّيقُ أَفْتِنَا فِى سَبْعِ بَقَرَٰتٍ سِمَانٍ يَأْكُلُهُنَّ سَبْعٌ عِجَافٌ وَسَبْعِ سُنۢبُلَٰتٍ خُضْرٍ وَأُخَرَ يَابِسَٰتٍ لَّعَلِّىٓ أَرْجِعُ إِلَى ٱلنَّاسِ لَعَلَّهُمْ يَعْلَمُونَ ﴿٤٦﴾

46. Agezeyo, ni ho yavuga ati: “Yusufu, ewe mvugakuri! Turotorere indoto y’umuntu yarose abona inka indwi zinuze, ziriko ziraribwa n’izindi nka indwi zinamvye; abona n’amashami indwi atotahaye, hamwe n’ayandi mashami indwi yumaganye. Ngira ngo mpava nsubira ku mwami n’abunganizi biwe ndabashiriye insiguro itomoye kuri iyi ndoto, kugira bamenye ubutore n’icubahiro vyawe”.

قَالَ تَزْرَعُونَ سَبْعَ سِنِينَ دَأَبًا فَمَا حَصَدتُّمْ فَذَرُوهُ فِى سُنۢبُلِهِۦٓ إِلَّا قَلِيلًا مِّمَّا تَأْكُلُونَ ﴿٤٧﴾

47. Yusufu yarayimurotoreye ati: “Muzorima imyaka indwi ikurikirana musarura umwimbu ushemeye. Ivyo muzosarura ku mwaka ku mwaka rero, murabiziganiriza kazoza, muheze muvyanikire mubigumize mu bishishwa vyavyo, kiretse bike mushobora gufungura;

ثُمَّ يَأْتِى مِنۢ بَعْدِ ذَٰلِكَ سَبْعٌ شِدَادٌ يَأْكُلْنَ مَا قَدَّمْتُمْ لَهُنَّ إِلَّا قَلِيلًا مِّمَّا تُحْصِنُونَ ﴿٤٨﴾

48. Mu nyuma rero, hazokurikira imyaka indwi y’amapfa, ico gihe muzokwikora ku mwimbu mwabitse muri ya myaka indwi ya mbere, kiretse imbuto nke muzobikira iteragira ry’agatasi;

ثُمَّ يَأْتِى مِنۢ بَعْدِ ذَٰلِكَ عَامٌ فِيهِ يُغَاثُ ٱلنَّاسُ وَفِيهِ يَعْصِرُونَ ﴿٤٩﴾

49. Inyuma y’iyo myaka y’amapfa rero, hazokurikira umwaka abantu bazoronswa imvura, basubire barime bimbura, baronke n’umusesekara w’ivyamwa, bavyengemwo umutobe”.

وَقَالَ ٱلْمَلِكُ ٱئْتُونِى بِهِۦ ۖ فَلَمَّا جَآءَهُ ٱلرَّسُولُ قَالَ ٱرْجِعْ إِلَىٰ رَبِّكَ فَسْـَٔلْهُ مَا بَالُ ٱلنِّسْوَةِ ٱلَّٰتِى قَطَّعْنَ أَيْدِيَهُنَّ ۚ إِنَّ رَبِّى بِكَيْدِهِنَّ عَلِيمٌ ﴿٥٠﴾

50. Umwami amaze kwumva insiguro y’indoto yiwe, yavuze ati: “Nimunzanire uyo muntu yashoboye kundotorera indoto”. Intumwa yarungitswe gukura Yusufu mw’ibohero ngo imuzane, Yusufu yayibwiye ati: “Subira ku mutware wawe, uheze umusabe ko abaza ukuri ku vyerekeye abagore bikomerekeje ku maboko, gutyo ukuri kumenyekane nanje nambikwe izera; mu vy’ukuri Imana yanje Rurema Allah, Irazi neza imitego yabo banteze”.

قَالَ مَا خَطْبُكُنَّ إِذْ رَٰوَدتُّنَّ يُوسُفَ عَن نَّفْسِهِۦ ۚ قُلْنَ حَٰشَ لِلَّهِ مَا عَلِمْنَا عَلَيْهِ مِن سُوٓءٍ ۚ قَالَتِ ٱمْرَأَتُ ٱلْعَزِيزِ ٱلْـَٰٔنَ حَصْحَصَ ٱلْحَقُّ أَنَا۠ رَٰوَدتُّهُۥ عَن نَّفْسِهِۦ وَإِنَّهُۥ لَمِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ﴿٥١﴾

51. Umwami yahavuye arengutsa nya bagore, ababaza ati: “Mwashaka gushika kuki, igihe mwipfuza Yusufu, hari ingeso mbi mwari mumuziko?”. Ba bagore bishuye bati: “Ihibambewe! Nta ngeso mbi twigeze tumumenyako”. Ni ho rero wa mugore w’umushikirangoma yatura ati: “Ubu ukuri kwamaze kugaragara nta co ncera, ni jewe namwipfuje ndanamwinginga aranyankira pe! Kandi ni ukuri Yusufu, ivyo yavuze vyose ari mu mvugakuri;

ذَٰلِكَ لِيَعْلَمَ أَنِّى لَمْ أَخُنْهُ بِٱلْغَيْبِ وَأَنَّ ٱللَّهَ لَا يَهْدِى كَيْدَ ٱلْخَآئِنِينَ ﴿٥٢﴾

52. Iri jambo, ndarivuze nemanga ivyabaye, kugira ngo umugabo wanje amenye ko ntigeze ndamuhemukira mu kumubesha ko Yusufu ari we yanyipfuje, kira noneho ntiyankundiye ko ndamwiha; yongere amenye kandi ko Imana Allah Idashoboza abahemu gushika ku co bipfuza;

53. Sindiko ndiyeza, mu vy'ukuri umushaha w'umuntu, wama umwosha kenshi na kenshi gukora ikibi, ukamuryohereza kugikora, kiretse uwagiriwe impuhwe n'Imana Allah Ikamukingira. Mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo".

۞وَمَآ أُبَرِّئُ نَفۡسِيٓۚ إِنَّ ٱلنَّفۡسَ لَأَمَّارَةُۢ بِٱلسُّوٓءِ إِلَّا مَا رَحِمَ رَبِّيٓۚ إِنَّ رَبِّي غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٥٣

54. Umwami wa Misiri amaze kuronka inkuru y'imvaho, yaciye avuga ati: "Nimunzanire Yusufu ndamwiyegereze, abe mu bahanuzi banje". Yusufu amaze kuza, umwami akamwiganira ko yarenganuwe kuko ari umwizigirwa, arangwa n'ingeso nziza, yaciye amubwira ati: "Wewe rero guhera uno musi, uri umunyacubahiro ku kirimba, uri n'umwizigirwa muri vyose".

وَقَالَ ٱلۡمَلِكُ ٱئۡتُونِي بِهِۦٓ أَسۡتَخۡلِصۡهُ لِنَفۡسِيۖ فَلَمَّا كَلَّمَهُۥ قَالَ إِنَّكَ ٱلۡيَوۡمَ لَدَيۡنَا مَكِينٌ أَمِينٞ ٥٤

55. Yusufu araheza abwira umwami ati: "Ngena rero kuba umunyabigega ajejwe guhagararira umwimbu w'igihugu ca Misiri, jewe mu vy'ukuri, ndi umwizigirwa kuri vyose, ndashoboye gucungera neza umwimbu, ndafise n'ubumenyi bukwiye ku vyerekeye itunganya ry'ubutunzi".

قَالَ ٱجۡعَلۡنِي عَلَىٰ خَزَآئِنِ ٱلۡأَرۡضِۖ إِنِّي حَفِيظٌ عَلِيمٞ ٥٥

56. Ni nk'ukwo nyene rero Twebwe Allah - Twakuye Yusufu mw'ibohero - Twamutsimbataje ku butegetsi agashika aho hose ashatse mu gihugu ca Misiri. Burya rero, Duhereza impuhwe zacu uwo Dushatse mu biremwa vyicisha bugufi bikagamburukira Imana Allah, eka ntitunatakaza na kimwe mu ndishi z'abagwaneza;

وَكَذَٰلِكَ مَكَّنَّا لِيُوسُفَ فِي ٱلۡأَرۡضِ يَتَبَوَّأُ مِنۡهَا حَيۡثُ يَشَآءُۚ نُصِيبُ بِرَحۡمَتِنَا مَن نَّشَآءُۖ وَلَا نُضِيعُ أَجۡرَ ٱلۡمُحۡسِنِينَ ٥٦

57. Kandi ni ukuri, impembo yo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni yo nziza gusumba iyo mu buzima bwo kw'isi ku bemeramana batinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo.

وَلَأَجۡرُ ٱلۡأٓخِرَةِ خَيۡرٞ لِّلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَكَانُواْ يَتَّقُونَ ٥٧

58. Haciye imyaka itari mike rero, ni ho benewabo na Yusufu bashengera muri Misiri bomowe n'amapfa yabateye, maze binjira kwa Yusufu, na we aca arabamenya ariko bobo ntibamumenya bivanye n'igihe kitari gito cari giheze;

وَجَآءَ إِخۡوَةُ يُوسُفَ فَدَخَلُواْ عَلَيۡهِ فَعَرَفَهُمۡ وَهُمۡ لَهُۥ مُنكِرُونَ ٥٨

59. Yaciye ategeka ko babakira, bakabazimana. Amaze kubatekerera imfungurwa bipfuza, bakaba bari bamwiganiye ko bafise mwenewabo kuri se[1] batashoboye kuzanana, yaciye ababwira ati: "Nimwaramuka mugarutse rero, murazanana na mwenewanyu kuri so, ntimwabonye ko nabatekereye nkabagerera neza, n'uko nabakiriye nkanabazimana neza?

وَلَمَّا جَهَّزَهُم بِجَهَازِهِمۡ قَالَ ٱئۡتُونِي بِأَخٖ لَّكُم مِّنۡ أَبِيكُمۡۚ أَلَا تَرَوۡنَ أَنِّيٓ أُوفِي ٱلۡكَيۡلَ وَأَنَا۠ خَيۡرُ ٱلۡمُنزِلِينَ ٥٩

[1] Ni uwo bavukana kwa se, akaba ari we mutoya wa Yusufu basangiye se na nyina, yitwa Biniyamini.

60. Nimutazanana n'uyo mwenewanyu kuri so rero, nta co nzobagerera ngo ndanabatekerere, eka ntimuzonatumbere aho ndi".

فَإِن لَّمْ تَأْتُونِي بِهِۦ فَلَا كَيْلَ لَكُمْ عِندِي وَلَا تَقْرَبُونِ ﴿٦٠﴾

61. Bishuye bati: "Tuzogerageza kwinginga se wiwe turabe ko yomuturungikana, kandi ni ukuri tuzobikora".

قَالُوا۟ سَنُرَٰوِدُ عَنْهُ أَبَاهُ وَإِنَّا لَفَٰعِلُونَ ﴿٦١﴾

62. Yusufu yari yabwiye abakozi biwe ko mu gutekera, boshira mu mfungurwa babatekereye ikiguzi cazo, kugira ngo nibashika iwabo bakabona nya kiguzi, kizotume bagaruka.

وَقَالَ لِفِتْيَٰنِهِ ٱجْعَلُوا۟ بِضَٰعَتَهُمْ فِى رِحَالِهِمْ لَعَلَّهُمْ يَعْرِفُونَهَآ إِذَا ٱنقَلَبُوٓا۟ إِلَىٰٓ أَهْلِهِمْ لَعَلَّهُمْ يَرْجِعُونَ ﴿٦٢﴾

63. Bamaze gushika kwa se wabo, baramwiganiye ido n'ido uko vyabagendeye, baraheza bamubwira bati: "Dawe wacu! Ariko rero, umutware ngo ntazosubira kudutekerera nitwaramuka dusubiyeyo tutajanye na murumuna wacu Biniyamini. Kubera ivyo rero, uramuturungikana, gutyo batugerere imfungurwa zikwiye, hanyuma na twe mu vy'ukuri, turiyemeje kuzomucungera".

فَلَمَّا رَجَعُوٓا۟ إِلَىٰٓ أَبِيهِمْ قَالُوا۟ يَٰٓأَبَانَا مُنِعَ مِنَّا ٱلْكَيْلُ فَأَرْسِلْ مَعَنَآ أَخَانَا نَكْتَلْ وَإِنَّا لَهُۥ لَحَٰفِظُونَ ﴿٦٣﴾

64. Se wabo abishura ati: "Nobizera gute ko mwocungera Biniyamini, mu gihe nigeze kubizera kuri mwenewabo Yusufu mukanyemeza ko muzomucungera, hanyuma ntimwabikora! Mwebwe rero sindabizeye namba, ariko ndizeye Imana Allah ko Imucungera kuko ni Yo Mwiza w'ababungabunzi, ni na Yo Nyenimpuhwe kuruta abanyampuhwe bose".

قَالَ هَلْ ءَامَنُكُمْ عَلَيْهِ إِلَّا كَمَآ أَمِنتُكُمْ عَلَىٰٓ أَخِيهِ مِن قَبْلُ فَٱللَّهُ خَيْرٌ حَٰفِظًا ۖ وَهُوَ أَرْحَمُ ٱلرَّٰحِمِينَ ﴿٦٤﴾

65. Bamaze gutekurura ivyo babatekereye, basanze basubijwe n'ikiguzi c'ivyo batekerewe, baca bavuga n'akamwemwe kenshi bati: "Dawe wacu! Hari ikindi dushaka coza kiruta iki! Ehe ng'iki n'ikiguzi c'ivyo badutekereye bakidusubije! Enda nyabuna muturungikane rero, tuje gusumira umuryango ibikwiye, hanyuma ducungere na murumuna wacu, gutyo na we nyene azogaruke afise igitwazi cikoreye imfungurwa ciyongereyeko, kuko nta wugererwa ibirenze igitwazi kimwe. Kumugerera na we ni bito cane ku mwami".

وَلَمَّا فَتَحُوا۟ مَتَٰعَهُمْ وَجَدُوا۟ بِضَٰعَتَهُمْ رُدَّتْ إِلَيْهِمْ ۖ قَالُوا۟ يَٰٓأَبَانَا مَا نَبْغِى ۖ هَٰذِهِۦ بِضَٰعَتُنَا رُدَّتْ إِلَيْنَا ۖ وَنَمِيرُ أَهْلَنَا وَنَحْفَظُ أَخَانَا وَنَزْدَادُ كَيْلَ بَعِيرٍ ۖ ذَٰلِكَ كَيْلٌ يَسِيرٌ ﴿٦٥﴾

66. Se wabo Yakubu araheza ababwira ati: "Sindota ndamubarungikana tudahanye amasezerano, mukandahira kw'izina ry'Imana Allah ko muzomungarukanira amarembe, hamwe mutoshikirwa n'ivyago bitabavuyeko". Bamaze rero kumurahirira kw'izina ry'Imana Allah ko bazomucungera, Yakubu yaciye avuga ati: "Imana Allah rero ni Yo Muhagarikizi wacu ku vyo dusezeranye".

قَالَ لَنْ أُرْسِلَهُۥ مَعَكُمْ حَتَّىٰ تُؤْتُونِ مَوْثِقًا مِّنَ ٱللَّهِ لَتَأْتُنَّنِى بِهِۦٓ إِلَّآ أَن يُحَاطَ بِكُمْ ۖ فَلَمَّآ ءَاتَوْهُ مَوْثِقَهُمْ قَالَ ٱللَّهُ عَلَىٰ مَا نَقُولُ وَكِيلٌ ﴿٦٦﴾

67. Hageze ko basubira muri Misiri rero, se wabo yabatekereye impanuro avuga ati: "Bane banje! Nimwaramuka mugeze muri Misiri, ntimuzokwinjire

وَقَالَ يَٰبَنِىَّ لَا تَدْخُلُوا۟ مِنۢ بَابٍ وَٰحِدٍ وَٱدْخُلُوا۟ مِنْ أَبْوَٰبٍ مُّتَفَرِّقَةٍ ۖ وَمَآ أُغْنِى

muciye mu muryango umwe, ahubwo murinjirira mu miryango itandukanye kugira mwikingire ijisho ribi. Hamwe n'uko ndabahaye izo mpanuro, nta cobuza ko mudashikirwa n'ivyagezwe vy'Imana Allah, kandi nta co mpinduramwo ngo ngire ico ndabamariye. Burya, nta ngingo ija mu ngiro ku biremwa, kiretse ko iva ku Mana Allah, ni Yo nishimikije kandi nizeye, abizera rero nibayishimikize bayizere".

عَنكُم مِّنَ ٱللَّهِ مِن شَيۡءٍۖ إِنِ ٱلۡحُكۡمُ إِلَّا لِلَّهِۖ عَلَيۡهِ تَوَكَّلۡتُۖ وَعَلَيۡهِ فَلۡيَتَوَكَّلِ ٱلۡمُتَوَكِّلُونَ ٦٧

68. Igihe bagera muri Misiri, binjiye baciye mu miryango itandukanye nk'uko se wabo yari yabategetse. N'aho ivyo vyose ata co vyari kubamarira ngo bihindure ivyagezwe n'Imana Allah kuri bo, ariko kubabwira ivyo vyose, vyatumye ikiri ku mutima wa Yakubu cururuka. Mu vy'ukuri, Yakubu yari afise ubumenyi buhambaye ku vyo Twebwe Allah Twamwigishije mw'idini ryiwe, ariko abenshi mu bantu ntibazi iherezo ry'ivyo bakora.

وَلَمَّا دَخَلُواْ مِنۡ حَيۡثُ أَمَرَهُمۡ أَبُوهُم مَّا كَانَ يُغۡنِي عَنۡهُم مِّنَ ٱللَّهِ مِن شَيۡءٍ إِلَّا حَاجَةً فِي نَفۡسِ يَعۡقُوبَ قَضَىٰهَاۚ وَإِنَّهُۥ لَذُو عِلۡمٖ لِّمَا عَلَّمۡنَٰهُ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعۡلَمُونَ ٦٨

69. Bamaze kwinjira rero mu kirimba kwa Yusufu bari kumwe na murumunawe Biniyamini, Yusufu yamuguye mu nda aramuhobera, araheza aramwongorera ati: "Jewe mu vy'ukuri, ndi mukurwawe, ntiwicwe n'intuntu na gato ku vyo benewacu bigeze kungirira".

وَلَمَّا دَخَلُواْ عَلَىٰ يُوسُفَ ءَاوَىٰٓ إِلَيۡهِ أَخَاهُۖ قَالَ إِنِّيٓ أَنَآ أَخُوكَ فَلَا تَبۡتَئِسۡ بِمَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ٦٩

70. Amaze kubatekerera imfungurwa bipfuza, yategetse abakozi biwe ko bashira mu mfungurwa bagereye murumunawe Biniyamini, igipimo bageresha, maze bakabigira mw'ibanga nta ngere ata n'umwe abizi. Bagize ngo barahagurutse bagende, umuraritsi yaciye asemerera ati: "Emwe bantu muri ku bitwazi! Mu vy'ukuri, hari ibintu mwivye, muri ibisuma koko!".

فَلَمَّا جَهَّزَهُم بِجَهَازِهِمۡ جَعَلَ ٱلسِّقَايَةَ فِي رَحۡلِ أَخِيهِ ثُمَّ أَذَّنَ مُؤَذِّنٌ أَيَّتُهَا ٱلۡعِيرُ إِنَّكُمۡ لَسَٰرِقُونَ ٧٠

71. Baca batumbera umuraritsi bati: "Mbega mwabuze igiki!?".

قَالُواْ وَأَقۡبَلُواْ عَلَيۡهِم مَّاذَا تَفۡقِدُونَ ٧١

72. Nya muraritsi n'abo bari kumwe bati: "Tubuze igipimo umwami ageresha, kandi ikibonamaso c'uwukizana, ni imfungurwa zotwarwa n'igitwazi". Umuraritsi aca yongerako ati: "Ni nanje mbere niyemeje kumushikiriza nya kibonamaso".

قَالُواْ نَفۡقِدُ صُوَاعَ ٱلۡمَلِكِ وَلِمَن جَآءَ بِهِۦ حِمۡلُ بَعِيرٖ وَأَنَا۠ بِهِۦ زَعِيمٞ ٧٢

73. Benewabo na Yusufu bavuze bati: "Turarahiye kw'izina ry'Imana Allah, ni ukuri na mwe murazi ko tutazanwe n'ubwononyi mu gihugu ca Misiri, eka ntituri n'abasuma mu buzima bwacu!".

قَالُواْ تَٱللَّهِ لَقَدۡ عَلِمۡتُم مَّا جِئۡنَا لِنُفۡسِدَ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَمَا كُنَّا سَٰرِقِينَ ٧٣

74. Abajejwe gusaka, ni ho bavuga bati: "Hamwe mwoba muriko murabesha mu kurahira ko mutivye, mubona yoba akwiye igihano nyabaki hamwe twosanga umusuma ari muri mwebwe!?".

قَالُواْ فَمَا جَزَٰٓؤُهُۥٓ إِن كُنتُمۡ كَٰذِبِينَ ٧٤

75. Benewabo na Yusufu bishuye bati: “Igihano c’uwivye, ni uko afashwe aca agirwa umuja w’uwibwe, ni nk’ico gihano nyene iwacu duha uwirenganije mu kwiba”.

قَالُواْ جَزَٰٓؤُهُۥ مَن وُجِدَ فِي رَحۡلِهِۦ فَهُوَ جَزَٰٓؤُهُۥۚ كَذَٰلِكَ نَجۡزِي ٱلظَّٰلِمِينَ ٧٥

76. Ni ho rero babasubiza kwa Yusufu, araheza atangura gusaka ubwiwe ivyo bafise, ahera kuri benewabo kuri se imbere yuko asaka murumunawe. Hanyuma ni ho yatandukira gusaka murumunawe, aca asanga nya gipimo co kugeresha kiri mu mfungurwa ziri ku gitwazi ca murumunawe. Ni uko rero Twebwe Allah, Tworohereje Yusufu kugumana na murumunawe, ntiyari gushobora gusigarana na we ku kirimba c’umwami wa Misiri, kiretse ku bushake bw’Imana Allah mu kwisunga ingingo yuko uwivye, ahanishwa igihano gisanzwe kiri mw’idini rya benewabo. Twebwe Allah, Tuduza icubahiro kw’isi uwo Dushatse mu biremwa. Burya rero, hejuru y’uwo wese afise ubumenyi, haba hari uwundi abumusumvya.

فَبَدَأَ بِأَوۡعِيَتِهِمۡ قَبۡلَ وِعَآءِ أَخِيهِ ثُمَّ ٱسۡتَخۡرَجَهَا مِن وِعَآءِ أَخِيهِۚ كَذَٰلِكَ كِدۡنَا لِيُوسُفَۖ مَا كَانَ لِيَأۡخُذَ أَخَاهُ فِي دِينِ ٱلۡمَلِكِ إِلَّآ أَن يَشَآءَ ٱللَّهُۚ نَرۡفَعُ دَرَجَٰتٖ مَّن نَّشَآءُۗ وَفَوۡقَ كُلِّ ذِي عِلۡمٍ عَلِيمٞ ٧٦

77. Baciye bavuga n’agashinyaguro n’akantu bati: “Niyibe na kera mukuru wiwe[1] yarigeze kwiba”. Yusufu ariyumya ku vyo yumvise maze ararimira ntiyiserura, kuko yari azi ko bavuze ikinyoma cambaye ubusa, maze aca yibwira ku mutima ati: “Mwebwe ni mwe bantu babi aho muri hose, burya Imana Allah, ni Yo Izi gusumba ikinyoma mu vyo mwigana”.

۞قَالُوٓاْ إِن يَسۡرِقۡ فَقَدۡ سَرَقَ أَخٞ لَّهُۥ مِن قَبۡلُۚ فَأَسَرَّهَا يُوسُفُ فِي نَفۡسِهِۦ وَلَمۡ يُبۡدِهَا لَهُمۡۚ قَالَ أَنتُمۡ شَرّٞ مَّكَانٗاۖ وَٱللَّهُ أَعۡلَمُ بِمَا تَصِفُونَ ٧٧

78. Baraheza bamubwira bamwinginga bati: “Ewe mutware! Mu vy’ukuri, uyo yivye afise se ashaje cane, amukunda cane, ntiyoba kure yiwe, pfuma ufata umwe muri twebwe mu kibanza ciwe, ni ukuri turabona ko wewe uri mu bagwaneza koko!”.

قَالُواْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلۡعَزِيزُ إِنَّ لَهُۥٓ أَبٗا شَيۡخٗا كَبِيرٗا فَخُذۡ أَحَدَنَا مَكَانَهُۥٓۖ إِنَّا نَرَىٰكَ مِنَ ٱلۡمُحۡسِنِينَ ٧٨

79. Yusufu yabishuye ati: “Imana Allah Ikinge, ntibikabe ko dufata ngo dusigarane kiretse uwo twafatanye itonga; mu vy’ukuri, mu gihe twofata uwundi mu kibanza ciwe, ni ukuri twoba turi mu barenganya”.

قَالَ مَعَاذَ ٱللَّهِ أَن نَّأۡخُذَ إِلَّا مَن وَجَدۡنَا مَتَٰعَنَا عِندَهُۥٓ إِنَّآ إِذٗا لَّظَٰلِمُونَ ٧٩

80. Bamaze kwihebura ko Biniyamini atakirekuwe, bahavuye biherera batangura guhanurana ku cokorwa, maze umukuru muri bo avuga ati: “Mbega ntimuzi ko so yabarahije kw’izina ry’Imana Allah, ko mutegerezwa kugarukana murumuna wanyu, kiretse mu gihe mwoshikirwa n’ivyago bitabavuyeko; n’imbere y’aho mukaba mutitwararitse Yusufu, mukamuhemukira. Jewe rero, sindota mva ku butaka bwa Misiri, kiretse mu gihe data yobindekurira, canke Imana Allah Ikandekurira kuva ng’aha, Ikanshoboza kuronka murumunanje, ni na Yo Mwiza w’abacamanza batunganiriza ibiremwa;

فَلَمَّا ٱسۡتَيۡـَٔسُواْ مِنۡهُ خَلَصُواْ نَجِيّٗاۖ قَالَ كَبِيرُهُمۡ أَلَمۡ تَعۡلَمُوٓاْ أَنَّ أَبَاكُمۡ قَدۡ أَخَذَ عَلَيۡكُم مَّوۡثِقٗا مِّنَ ٱللَّهِ وَمِن قَبۡلُ مَا فَرَّطتُمُونِي يُوسُفَۖ فَلَنۡ أَبۡرَحَ ٱلۡأَرۡضَ حَتَّىٰ يَأۡذَنَ لِيٓ أَبِيٓ أَوۡ يَحۡكُمَ ٱللَّهُ لِيۖ وَهُوَ خَيۡرُ ٱلۡحَٰكِمِينَ ٨٠

[1] Bashaka kuvuga Yusufu ko yigeze kwiba, kandi bitigeze biba.

81. Nimusubire inyuma mwebwe muje kwa so, nimwashikayo mumwiganire uko vyatugendeye, muheze mumubwire muti: “Dawe wacu! Ni ukuri, umwana wawe Biniyamini yivye, kandi ntitumwagiriza kiretse ivyo twiboneye n’amaso, eka nta n’ubumenyi bw’uko yari kwiba twari dufise imbere yo kugusezeranira kumugarukana;

ٱرۡجِعُوٓاْ إِلَىٰٓ أَبِيكُمۡ فَقُولُواْ يَٰٓأَبَانَآ إِنَّ ٱبۡنَكَ سَرَقَ وَمَا شَهِدۡنَآ إِلَّا بِمَا عَلِمۡنَا وَمَا كُنَّا لِلۡغَيۡبِ حَٰفِظِينَ ٨١

82. Da! Niwashaka baza Abanyamisiri, ubaze n’abo twari kumwe, twazananye ku rugendo, mu vy’ukuri tukubwije ukuri”.

وَسۡـَٔلِ ٱلۡقَرۡيَةَ ٱلَّتِي كُنَّا فِيهَا وَٱلۡعِيرَ ٱلَّتِيٓ أَقۡبَلۡنَا فِيهَاۖ وَإِنَّا لَصَٰدِقُونَ ٨٢

83. Yakubu yabishuye ati: “Hari ikintu kibi imitima yanyu yaboheje gukora. Kubera ivyo rero, ndihanganye, sindi bwihebure ngo ncike intege, canke ngo nidoge, hari n’aho Imana Allah Yobanzanira bose uko ari batatu; mu vy’ukuri, ni Yo Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora”.

قَالَ بَلۡ سَوَّلَتۡ لَكُمۡ أَنفُسُكُمۡ أَمۡرٗاۖ فَصَبۡرٞ جَمِيلٌۖ عَسَى ٱللَّهُ أَن يَأۡتِيَنِي بِهِمۡ جَمِيعًاۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلۡعَلِيمُ ٱلۡحَكِيمُ ٨٣

84. Ni ho rero Yakubu yabirengagiza akavuga n’intuntu n’akantu ati: “Ese umubabaro mfise kuri Yusufu!”. Amaso yiwe yahavuye yeruruka ku kubera intimba n’intuntu, ariko rero yari umuntu yifata akigumya.

وَتَوَلَّىٰ عَنۡهُمۡ وَقَالَ يَٰٓأَسَفَىٰ عَلَىٰ يُوسُفَ وَٱبۡيَضَّتۡ عَيۡنَاهُ مِنَ ٱلۡحُزۡنِ فَهُوَ كَظِيمٞ ٨٤

85. Nya bana biwe bamubwiye bati: “Kw’izina ry’Imana Allah, ubwo uracakomeza kwibuka Yusufu n’imyaka yose ihaciye, gushika n’aho wenda guhwera canke ugahwera koko!”.

قَالُواْ تَٱللَّهِ تَفۡتَؤُاْ تَذۡكُرُ يُوسُفَ حَتَّىٰ تَكُونَ حَرَضًا أَوۡ تَكُونَ مِنَ ٱلۡهَٰلِكِينَ ٨٥

86. Yakubu yabishuye ati: “Nta n’umwe ndi buganyire ngo ndegere umubabaro n’intuntu mfise ku mutima atari Imana Allah, ni na Yo Izonkura mu kaga ndimwo, burya ndazi ku mpuhwe z’Imana Allah Imfiseko ivyo mutazi;

قَالَ إِنَّمَآ أَشۡكُواْ بَثِّي وَحُزۡنِيٓ إِلَى ٱللَّهِ وَأَعۡلَمُ مِنَ ٱللَّهِ مَا لَا تَعۡلَمُونَ ٨٦

87. Ehe bane banje! Nimusubire muri Misiri, maze mugendereze inkuru ku vyerekeye Yusufu na murumuna wiwe, kandi ntimwihebure ku mpuhwe z’Imana Allah, burya nta wihebura ku mpuhwe z’Imana Allah, kiretse abantu b’abagarariji, batemera ubushobozi n'ububasha vyayo”.

يَٰبَنِيَّ ٱذۡهَبُواْ فَتَحَسَّسُواْ مِن يُوسُفَ وَأَخِيهِ وَلَا تَاْيۡـَٔسُواْ مِن رَّوۡحِ ٱللَّهِۖ إِنَّهُۥ لَا يَاْيۡـَٔسُ مِن رَّوۡحِ ٱللَّهِ إِلَّا ٱلۡقَوۡمُ ٱلۡكَٰفِرُونَ ٨٧

88. Bahavuye rero basubira muri Misiri, bagize ngo barinjiye kwa Yusufu, bamubwiye bati: “Ewe mutware! Twaratewe n’inzara, twebwe n’umuryango wacu wose, ni ko kuza twibangikanije iki kiguzi gidashemeye, turasavye rero ko mwotugerera ibikwiye nk’uko mwahora mubigenza ku kiguzi nk’ico nyene, n’aho kidashemeye. Mu vy’ukuri Imana Allah, Irahemba abafasha abandi bakababaha imperezwa”.

فَلَمَّا دَخَلُواْ عَلَيۡهِ قَالُواْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلۡعَزِيزُ مَسَّنَا وَأَهۡلَنَا ٱلضُّرُّ وَجِئۡنَا بِبِضَٰعَةٖ مُّزۡجَىٰةٖ فَأَوۡفِ لَنَا ٱلۡكَيۡلَ وَتَصَدَّقۡ عَلَيۡنَآۖ إِنَّ ٱللَّهَ يَجۡزِي ٱلۡمُتَصَدِّقِينَ ٨٨

89. Yusufu amaze kwumva ivyo bavuze, yafashwe n’ikigumbagumba, aca ababwira ati: “Mbega mwoba mwibuka ivyo mwagiriye Yusufu na murumunawe igihe mutashobora gutahura iherezo ryanyu?”.

قَالَ هَلۡ عَلِمۡتُم مَّا فَعَلۡتُم بِيُوسُفَ وَأَخِيهِ إِذۡ أَنتُمۡ جَٰهِلُونَ ٨٩

90. Ni ho baca bamubaza bitangaza bati: “Burya mu vy’ukuri, yoba ari wewe Yusufu!?”. Na we ati: “Ego cane ni jewe! Uyu na we ni murumunanje, Imana Allah Yaratugiriye ubuntu maze Iraduhuza. Burya uwutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, akanihanganira ibigeragezo, nta nkeka ko Izobimuhembera; mu vy’ukuri Imana Allah, ntitakaza impera y’abagwaneza”.

قَالُوٓاْ أَءِنَّكَ لَأَنتَ يُوسُفُۖ قَالَ أَنَا۠ يُوسُفُ وَهَٰذَآ أَخِيۖ قَدۡ مَنَّ ٱللَّهُ عَلَيۡنَآۖ إِنَّهُۥ مَن يَتَّقِ وَيَصۡبِرۡ فَإِنَّ ٱللَّهَ لَا يُضِيعُ أَجۡرَ ٱلۡمُحۡسِنِينَ ٩٠

91. Bavuze bati: “Turarahiye kw’izina ry’Imana Allah ko Yamaze kuguha icubahiro kiturengeye, kandi ku vyo twabagiriye, twarakosheje pe!”.

قَالُواْ تَٱللَّهِ لَقَدۡ ءَاثَرَكَ ٱللَّهُ عَلَيۡنَا وَإِن كُنَّا لَخَٰطِـِٔينَ ٩١

92. Yusufu ni ho yabishura ati: “Kuri uno musi, nta kabi kuri mwebwe, Imana Allah Ibababarire ivyaha vyanyu, ni na Yo Nyenimpuhwe kuruta abanyempuhwe bose”.

قَالَ لَا تَثۡرِيبَ عَلَيۡكُمُ ٱلۡيَوۡمَۖ يَغۡفِرُ ٱللَّهُ لَكُمۡۖ وَهُوَ أَرۡحَمُ ٱلرَّٰحِمِينَ ٩٢

93. Ni ho rero bamwiganira ko se yamaze guhuma biturutse ku ntimba amufitiye, aca ababwira ati: “Nimugende mujanye iyi kanzu yanje; nimwagerayo, muce muyiterera mu maso ya data, azoca asubira kubona ukuri kwamye, hanyuma muzoce mugaruka muzananye n’umuryango wose”.

ٱذۡهَبُواْ بِقَمِيصِي هَٰذَا فَأَلۡقُوهُ عَلَىٰ وَجۡهِ أَبِي يَأۡتِ بَصِيرٗا وَأۡتُونِي بِأَهۡلِكُمۡ أَجۡمَعِينَ ٩٣

94. Bagize ngo baratanguye urugendo bava muri Misiri bagana muri Shaamu, bafise nya kanzu, se wabo Yakubu yaciye abwira abari kumwe na we ati: “Ni ukuri, ndumva akamoto ka Yusufu n’aho mwoshaka mugatebura ku vyo mvuze, mwibaza ko ndi umukehabwenge”.

وَلَمَّا فَصَلَتِ ٱلۡعِيرُ قَالَ أَبُوهُمۡ إِنِّي لَأَجِدُ رِيحَ يُوسُفُۖ لَوۡلَآ أَن تُفَنِّدُونِ ٩٤

95. Abari ng’aho, bamwishuye bati: “Turarahiye kw’izina ry’Imana Allah, ko wewe mu vy’ukuri, ukirembejwe n’intimba y’urukundo rwa Yusufu, bigatuma uguma umubona!”.

قَالُواْ تَٱللَّهِ إِنَّكَ لَفِي ضَلَٰلِكَ ٱلۡقَدِيمِ ٩٥

96. Uwari azaniye Yakubu inkuru y’ihumure ko Yusufu akiriho, amaze guterera nya kanzu mu maso yiwe, Yakubu yaciye asubira kubona ukuri kwamye, ni ho yaca abwira abari ng’aho n’akamwemwe nta ngere ati: “Sinari nababwiye ko jewe mu vy’ukuri, nzi ivyo mutazi ku mpuhwe z’Imana Allah Imfiseko!”.

فَلَمَّآ أَن جَآءَ ٱلۡبَشِيرُ أَلۡقَىٰهُ عَلَىٰ وَجۡهِهِۦ فَٱرۡتَدَّ بَصِيرٗاۖ قَالَ أَلَمۡ أَقُل لَّكُمۡ إِنِّيٓ أَعۡلَمُ مِنَ ٱللَّهِ مَا لَا تَعۡلَمُونَ ٩٦

97. Ba bana ba Yakubu baciye bavuga bati: “Ewe dawe wacu! Dusabire rero ku Mana Allah ikigongwe, Itubabarire ivyaha vyacu; mu vy’ukuri, ku vyo twagiriye Yusufu na murumunawe, twarakosheje pe”.

قَالُواْ يَٰٓأَبَانَا ٱسۡتَغۡفِرۡ لَنَا ذُنُوبَنَآ إِنَّا كُنَّا خَٰطِـِٔينَ ٩٧

98. Yakubu yabishuye ati: “Handi hato, mpava ndabasabira Imana yanje Rurema Allah Ibagirire ikigongwe, burya ni Yo Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo”.

قَالَ سَوۡفَ أَسۡتَغۡفِرُ لَكُمۡ رَبِّيٓۖ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلۡغَفُورُ ٱلرَّحِيمُ ٩٨

99. Yakubu n'umuryango wiwe wose rero, bahavuye baja muri Misiri. Bamaze gushikayo bakinjira mu kirimba kwa Yusufu, Yusufu yahobereye abavyeyi biwe bompi, maze aca ababwira ati: "Kaze murisanze muri Misiri ku bushake bw'Imana Allah! Muragakira umuruho n'amapfa, nimutekane!".

فَلَمَّا دَخَلُواْ عَلَىٰ يُوسُفَ ءَاوَىٰٓ إِلَيۡهِ أَبَوَيۡهِ وَقَالَ ٱدۡخُلُواْ مِصۡرَ إِن شَآءَ ٱللَّهُ ءَامِنِينَ ٩٩

100. Ni ho yahava yakirana iteka abavyeyi biwe mu kubicarika hambavu yiwe ku ntebe y'inganji, baraheza baramuramutsa indamutso y'icubahiro, benawabo bose baramwubamira[1] uko ari icumi n'umwe. Ni ho rero Yusufu yaca abwira se ati: "Da! Iyi rero, ni yo nsiguro y'indoto nigeze kurota nkiri muto, nkayikwiganira, Imana yanje Rurema Allah Yayishize mu ngiro, ni ukuri Yaranangiriye ubuntu igihe Yankura mw'ibohero, Ikanabanzanira ng'aha Ibakuye mu misozi, inyuma y'aho shetani interanije na benewacu. Mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, ni Rumenyi-Rudahishwa ku vyo Ishatse, ni na Yo Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora".

وَرَفَعَ أَبَوَيۡهِ عَلَى ٱلۡعَرۡشِ وَخَرُّواْ لَهُۥ سُجَّدٗاۖ وَقَالَ يَٰٓأَبَتِ هَٰذَا تَأۡوِيلُ رُءۡيَٰيَ مِن قَبۡلُ قَدۡ جَعَلَهَا رَبِّي حَقّٗاۖ وَقَدۡ أَحۡسَنَ بِيٓ إِذۡ أَخۡرَجَنِي مِنَ ٱلسِّجۡنِ وَجَآءَ بِكُم مِّنَ ٱلۡبَدۡوِ مِنۢ بَعۡدِ أَن نَّزَغَ ٱلشَّيۡطَٰنُ بَيۡنِي وَبَيۡنَ إِخۡوَتِيٓۚ إِنَّ رَبِّي لَطِيفٞ لِّمَا يَشَآءُۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلۡعَلِيمُ ٱلۡحَكِيمُ ١٠٠

101. Ni ho rero Yusufu yatumbera Imana Allah ayisaba ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ni ukuri, Warampaye ubwami bwa Misiri, Unyigisha no kurotora indoto, n'ubundi bumenyi. Ewe Rurema w'amajuru n'isi! Wewe ni We Muhagarikizi wanje muri vyose kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Urandengutsa rero ndi umwislamu nicisha bugufi, Uzonshire hamwe n'abaja bawe beranda".

۞رَبِّ قَدۡ ءَاتَيۡتَنِي مِنَ ٱلۡمُلۡكِ وَعَلَّمۡتَنِي مِن تَأۡوِيلِ ٱلۡأَحَادِيثِۚ فَاطِرَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ أَنتَ وَلِيِّۦ فِي ٱلدُّنۡيَا وَٱلۡأٓخِرَةِۖ تَوَفَّنِي مُسۡلِمٗا وَأَلۡحِقۡنِي بِٱلصَّٰلِحِينَ ١٠١

102. Ntumwa y'Imana! Izo rero ni zimwe mu nkuru zo muri kahise Tuguhishurira, si ho wari igihe benewabo na Yusufu bapfundika ko bamuta mu kinogo kirekire, babanje gutega imitego mw'irementanya ridasanzwe[2].

ذَٰلِكَ مِنۡ أَنۢبَآءِ ٱلۡغَيۡبِ نُوحِيهِ إِلَيۡكَۖ وَمَا كُنتَ لَدَيۡهِمۡ إِذۡ أَجۡمَعُوٓاْ أَمۡرَهُمۡ وَهُمۡ يَمۡكُرُونَ ١٠٢

103. Abenshi mu babangikanyamana mu bantu warungitsweko, ntibemera n'aho wokwitwararika kubararikira ukwemera.

وَمَآ أَكۡثَرُ ٱلنَّاسِ وَلَوۡ حَرَصۡتَ بِمُؤۡمِنِينَ ١٠٣

104. Nta n'indishi ubasaba kw'irarikiramana ryawe ryo kwemera Imana Imwe Rudende Allah, burya Qor'ani warungikanwe, si ikindi kiretse ko ari urwibutso ku bantu bose kugira ngo bikebuke.

وَمَا تَسۡـَٔلُهُمۡ عَلَيۡهِ مِنۡ أَجۡرٍۚ إِنۡ هُوَ إِلَّا ذِكۡرٞ لِّلۡعَٰلَمِينَ ١٠٤

105. Hari ivyemezo vyinshi mu majuru no mw'isi[3] vyerekana ko Imana ari Imwe Rudende, abantu

وَكَأَيِّن مِّنۡ ءَايَةٖ فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ

[1] Ni ukwubama ku bw'icubahiro; mu mabwirizwa y'idini rya Yakubu, ico gihe vyari birekuwe kwubamira umuntu mu kumwubaha. Vyahavuye rero bibuzwa mu mabwirizwa y'idini ry'ubwislamu ku kwanka ko vyoba imvo y'ibangikanyamana. Mu bwislamu rero, kirazira kikaziririzwa kwubamira ikiremwa.

[2] Ugushikiriza ido n'ido kahise nk'uko vyagenze ku vyerekeye Intumwa z'aho hambere y'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ni kimwe mu vyerekana ko Qor'ani yahishuwe koko n'Imana Allah.

[1] Nk'akarorero k'izuba, ukwezi, imisozi, ibiti, n'ibindi.

babirengako bavyirengagiza nk'uko ata vyo babona. يَمُرُّونَ عَلَيۡهَا وَهُمۡ عَنۡهَا مُعۡرِضُونَ ١٠٥

106. Abenshi muri bo rero, ntibemera Imana Allah ko ari Yo Yaremye, Ibeshaho ibiremwa, kiretse ko bayemera bayibangikanya n'ibigirwamana. وَمَا يُؤۡمِنُ أَكۡثَرُهُم بِٱللَّهِ إِلَّا وَهُم مُّشۡرِكُونَ ١٠٦

107. Mbega boba bafise ikintu gituma batekanirwa ku Mana Allah, ku buryo batoshikirwa n'ibihano bihwikira bivuye ku Mana Allah; canke ko batoshikirwa giturumbuka n'umuhero w'isi, ata vyo bari biteguriye! أَفَأَمِنُوٓاْ أَن تَأۡتِيَهُمۡ غَٰشِيَةٞ مِّنۡ عَذَابِ ٱللَّهِ أَوۡ تَأۡتِيَهُمُ ٱلسَّاعَةُ بَغۡتَةٗ وَهُمۡ لَا يَشۡعُرُونَ ١٠٧

108. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Iyi, ni yo nzira yanje yo gusenga Imana Imwe Rudende Allah, jewe hamwe n'abankurikiye, ndabararikira ko mwokurikira hisunzwe ivyemezo bitomoye; ukuninahazwa rero, ni ukw'Imana Allah, eka jewe sindi mu babangikanyamana pe!". قُلۡ هَٰذِهِۦ سَبِيلِيٓ أَدۡعُوٓاْ إِلَى ٱللَّهِۚ عَلَىٰ بَصِيرَةٍ أَنَا۠ وَمَنِ ٱتَّبَعَنِيۖ وَسُبۡحَٰنَ ٱللَّهِ وَمَآ أَنَا۠ مِنَ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ١٠٨

109. Twebwe Allah, ntitwigeze Dutuma Intumwa ku bantu aho hambere yawe, kiretse ko Twazitora mu bagabo baba mu bisagara, Tugaheza Tukabahishurira amabwirizwa yacu, hari ababemera bakabakurikira, n'abandi babahakana. Mbega ntibaragendagenda kw'isi ngo barabe ukuntu iherezo ry'abahakanyi b'aho hambere yabo ryagenze! Ni ukuri, indishi yo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ku batinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, ni yo nziza gusumba isi n'ibihendamaso vyayo. Mbega ntimugira ubwenge ngo mutahure muheze mwikebuke! وَمَآ أَرۡسَلۡنَا مِن قَبۡلِكَ إِلَّا رِجَالٗا نُّوحِيٓ إِلَيۡهِم مِّنۡ أَهۡلِ ٱلۡقُرَىٰٓۗ أَفَلَمۡ يَسِيرُواْ فِي ٱلۡأَرۡضِ فَيَنظُرُواْ كَيۡفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِمۡۗ وَلَدَارُ ٱلۡأٓخِرَةِ خَيۡرٞ لِّلَّذِينَ ٱتَّقَواْۗ أَفَلَا تَعۡقِلُونَ ١٠٩

110. Ntumwa y'Imana! Ntiwihutire rero kunesha abaguhakana, burya Intumwa z'aho hambere yawe, na zo zaragararijwe gushika n'aho zihebura ko ata wuzozemera; abo zarungitsweko na bo, bibaza ko zabahenze mu kugabishwa ku bihano vy'Imana Allah, ni ho rero Twaheza Tugatabara Intumwa zacu n'abazikurikiye, Tukarokora mu bihano uwo Dushatse. Burya ibihano vyacu Twebwe Allah, ntibisubizwa inyuma hageze guhana abantu b'abanyavyaha, barenga ku mabwirizwa yacu. حَتَّىٰٓ إِذَا ٱسۡتَيۡـَٔسَ ٱلرُّسُلُ وَظَنُّوٓاْ أَنَّهُمۡ قَدۡ كُذِبُواْ جَآءَهُمۡ نَصۡرُنَا فَنُجِّيَ مَن نَّشَآءُۖ وَلَا يُرَدُّ بَأۡسُنَا عَنِ ٱلۡقَوۡمِ ٱلۡمُجۡرِمِينَ ١١٠

111. Ntumwa y'Imana! Mu vyo Twakwiganiye rero kuri kahise k'Intumwa zacu, harimwo inkebuzo ku bantu b'abanyabwenge. Qor'ani ntiyigeze iba amajambo y'irementanya, ariko Twayimanuye kugira ishimangire ibiri mu Bitabu vyamanuwe aho hambere yayo, inatomorere abantu ibirekuwe n'ibizira, iheze ibere uburongozi n'impuhwe abantu b'abemeramana. لَقَدۡ كَانَ فِي قَصَصِهِمۡ عِبۡرَةٞ لِّأُوْلِي ٱلۡأَلۡبَٰبِۗ مَا كَانَ حَدِيثٗا يُفۡتَرَىٰ وَلَٰكِن تَصۡدِيقَ ٱلَّذِي بَيۡنَ يَدَيۡهِ وَتَفۡصِيلَ كُلِّ شَيۡءٖ وَهُدٗى وَرَحۡمَةٗ لِّقَوۡمٖ يُؤۡمِنُونَ ١١١

13. Ar-Ra'd (Imituragaro)
Aayah 43, Madina

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

الٓمٓرٰۚ تِلۡكَ ءَايَٰتُ ٱلۡكِتَٰبِۗ وَٱلَّذِيٓ أُنزِلَ إِلَيۡكَ مِن رَّبِّكَ ٱلۡحَقُّ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يُؤۡمِنُونَ ١

1. Alif Laam Miim Raa[1]. Izi, ni Aayah z'Igitabu Qor'ani zubashwe. Ntumwa y'Imana! Iyi Qor'ani wamanuriwe ivuye ku Mana yawe Rurema Allah, ni kwo kuri; ariko rero hamwe n'ivyo, abenshi mu bantu ntibayemera ngo bayigendere.

ٱللَّهُ ٱلَّذِي رَفَعَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ بِغَيۡرِ عَمَدٖ تَرَوۡنَهَاۖ ثُمَّ ٱسۡتَوَىٰ عَلَى ٱلۡعَرۡشِۖ وَسَخَّرَ ٱلشَّمۡسَ وَٱلۡقَمَرَۖ كُلّٞ يَجۡرِي لِأَجَلٖ مُّسَمّٗىۚ يُدَبِّرُ ٱلۡأَمۡرَ يُفَصِّلُ ٱلۡأٓيَٰتِ لَعَلَّكُم بِلِقَآءِ رَبِّكُمۡ تُوقِنُونَ ٢

2. Imana Allah, ni Yo Yahanitse amajuru indwi ku bushobozi n'ububasha vyayo ata nkingi mubona ziyareruye; hanyuma Iraheza Irahangama hejuru y'ibiremwa vyose ku Buhangamo bwayo "Al'Arsh" mu buryo buberanye n'icubahiro cayo, Iraheza Irema izuba n'ukwezi, kimwe cose kizungurukira mu nzira ntasobwa yaco; ivyo Ikaba Yabigize ukwo, ku neza y'ibiremwa gushika ku musi w'iherezo. Imana Allah Itunganya ibijanye n'ubuzima bwo kw'isi n'ubw'inyuma yo gupfa, Ikabatomorera Aayah n'ivyemezo vyayo vyerekana ko ari Yo Yaremye, kugira mwemere mwizere ko muzohura n'Imana yanyu Rurema Allah, muheze muyisenge mutayibangikanya.

وَهُوَ ٱلَّذِي مَدَّ ٱلۡأَرۡضَ وَجَعَلَ فِيهَا رَوَٰسِيَ وَأَنۡهَٰرٗاۖ وَمِن كُلِّ ٱلثَّمَرَٰتِ جَعَلَ فِيهَا زَوۡجَيۡنِ ٱثۡنَيۡنِۖ يُغۡشِي ٱلَّيۡلَ ٱلنَّهَارَۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَٰتٖ لِّقَوۡمٖ يَتَفَكَّرُونَ ٣

3. Ni na Yo Yaguye umubumbe w'isi kugira mushobore kuwubako, Iwuremako n'imisozi iwushigikiye nk'imambo, n'inzuzi mwikorako. No mu vyamwa vy'ubwoko bwose Yaremye amoko abirabiri; ivyera n'ivyirabura, ibisosa n'ibikata, Ituma n'ijoro rihwikira umurango bukijima. Muri ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo vyotuma abantu biyumvira, bakikebuka.

وَفِي ٱلۡأَرۡضِ قِطَعٞ مُّتَجَٰوِرَٰتٞ وَجَنَّٰتٞ مِّنۡ أَعۡنَٰبٖ وَزَرۡعٞ وَنَخِيلٞ صِنۡوَانٞ وَغَيۡرُ صِنۡوَانٖ يُسۡقَىٰ بِمَآءٖ وَٰحِدٖ وَنُفَضِّلُ بَعۡضَهَا عَلَىٰ بَعۡضٖ فِي ٱلۡأُكُلِۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَٰتٖ لِّقَوۡمٖ يَعۡقِلُونَ ٤

4. Mw'isi rero, burya harimwo uduce tw'agataka twegeranye ariko dutandukanye mu kanovera katwo[2]; harimwo n'imirima itotahaye y'imizabibu, indimo z'ibindi biterwa bitandukanye, ibiti vy'itende binaga ari bibiribibiri ku ngundu imwe, n'ibinaga kimwe cose cisangije ingundu, ivyo vyose ugasanga umwimbu wavyo utandukanye kw'ibara, akanovera n'indemo, kandi vyose biri ku gataka kamwe, vyavomewe ku mazi akomoka hamwe, gutyo Tugatuma rero abantu bakunda bagahurumbira cane gufungura bimwe muri nya mwimbu kurusha ibindi. Muri ivyo vyose rero, ni ukuri, harimwo ivyemezo vyotuma abantu bafise ubwenge banyurwa, bagaheza bagatahura

[2] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.
[1] Ugasanga hari isi y'akanovera yimbuka, hambavu yayo hari iyindi si y'ubusize itimbuka namba.

ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, maze bakayigamburukira.

5. Ntumwa y'Imana! Niwabona uriko utangazwa n'ukutemera kw'abantu kw'ibi vyemezo, ahubwo mu mvugo zabo hari ikizogutangaza kuruta, bazovuga bahakana bivuye inyuma izuka ry'ibiremwa, binamure bati: "Mbega mu gihe tworamuka dupfuye tugacika ivu, ubwo ni ukuri tuzozuka!". Abo, ni bo rero bagararije koko Imana yabo Rurema Allah, ni na bo bazoboheshwa iminyororo mw'izosi ku musi w'izuka, ni na bo bantu bo mu muriro, bobo bazowubamwo ibihe bidahera.

۞وَإِن تَعۡجَبۡ فَعَجَبٞ قَوۡلُهُمۡ أَءِذَا كُنَّا تُرَٰبًا أَءِنَّا لَفِي خَلۡقٖ جَدِيدٍۗ أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِرَبِّهِمۡۖ وَأُوْلَٰٓئِكَ ٱلۡأَغۡلَٰلُ فِيٓ أَعۡنَاقِهِمۡۖ وَأُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلنَّارِۖ هُمۡ فِيهَا خَٰلِدُونَ ٥

6. Ntumwa y'Imana! Abahakanyi bagusaba ko wokwihutira kubasabira igihano c'ihakana ryabo, imbere yuko bemera bagakora ivyiza vyotuma badahanwa; kandi mu vy'ukuri, aho hambere yabo, hari abahakanyi bamaze guhanwa, ubwo ntibokwikebuka! Mu vy'ukuri, Imana yawe Rurema Allah ni Nyenukubabarira ivyaha ku bantu bigaya ku vyaha bakoze; mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, Irahana Igahasha uwo wese atigaya ku vyaha vyiwe.

وَيَسۡتَعۡجِلُونَكَ بِٱلسَّيِّئَةِ قَبۡلَ ٱلۡحَسَنَةِ وَقَدۡ خَلَتۡ مِن قَبۡلِهِمُ ٱلۡمَثُلَٰتُۗ وَإِنَّ رَبَّكَ لَذُو مَغۡفِرَةٖ لِّلنَّاسِ عَلَىٰ ظُلۡمِهِمۡۖ وَإِنَّ رَبَّكَ لَشَدِيدُ ٱلۡعِقَابِ ٦

7. Abagarariji b'i Makka bavuga ku kagagazo n'akantu bati: "Muhamadi ntiyari gupfuma amanurirwa n'Imana yiwe Rurema Allah igitangaro gifadika cemeza ukuri kwiwe; nk'inkoni yahawe Musa, canke ingamiya yururukirijwe Swalehe!". Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, wewe uri Umugabisha ku bihano vy'Imana Allah. Burya rero, umugwi wose w'abantu wararungikiwe Intumwa iwurongora mu nzira y'Imana Allah.

وَيَقُولُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لَوۡلَآ أُنزِلَ عَلَيۡهِ ءَايَةٞ مِّن رَّبِّهِۦٓۗ إِنَّمَآ أَنتَ مُنذِرٞۖ وَلِكُلِّ قَوۡمٍ هَادٖ ٧

8. Imana Allah Irazi neza icibungenzwe kikiri mu nda; ko kizoba ari igitsina-gabo canke igitsina-gore; ko kizoba ari ikigaba canke umugororotsi. Irazi neza n'ibitereko bizokorora imbanyi, ibizoyivyara itageze canke irengeje amezi icenda. Ikintu ico ari co cose rero, ku Mana Allah caragezwe.

ٱللَّهُ يَعۡلَمُ مَا تَحۡمِلُ كُلُّ أُنثَىٰ وَمَا تَغِيضُ ٱلۡأَرۡحَامُ وَمَا تَزۡدَادُۖ وَكُلُّ شَيۡءٍ عِندَهُۥ بِمِقۡدَارٍ ٨

9. Ni Yo Rumenyi w'ibinyegeje n'ibiboneka, Nyenubukuru muri vyose, Nyenukwiganza kuri vyose.

عَٰلِمُ ٱلۡغَيۡبِ وَٱلشَّهَٰدَةِ ٱلۡكَبِيرُ ٱلۡمُتَعَالِ ٩

10. Ni co kimwe rero kuri Yo, uwugize ico avuga muri mwebwe mw'ibanga canke ku mugaragaro, n'uwugize ico akora yikinze agahumbezi k'ijoro canke ku murango izuba riva, Imana Allah Irabimenya.

سَوَآءٞ مِّنكُم مَّنۡ أَسَرَّ ٱلۡقَوۡلَ وَمَن جَهَرَ بِهِۦ وَمَنۡ هُوَ مُسۡتَخۡفِۭ بِٱلَّيۡلِ وَسَارِبُۢ بِٱلنَّهَارِ ١٠

11. Imana Allah Irafise abamalayika bakurakuranwa mu gucungera umuntu imbere n'inyuma yiwe, bamubungabunze kw'itegeko ry'Imana Allah, bandika ivyo akora vyose: vyaba ivyiza canke ibibi. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntiyaka abantu inema Yabahaye atari uko babanje

لَهُۥ مُعَقِّبَٰتٞ مِّنۢ بَيۡنِ يَدَيۡهِ وَمِنۡ خَلۡفِهِۦ يَحۡفَظُونَهُۥ مِنۡ أَمۡرِ ٱللَّهِۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُغَيِّرُ مَا بِقَوۡمٍ حَتَّىٰ يُغَيِّرُواْ مَا بِأَنفُسِهِمۡۗ وَإِذَآ أَرَادَ

guhinduka bo nyene, bakarenga ku mabwirizwa yayo. Iyo rero Imana Allah Ishatse igerageza ry'umugwi w'abantu, nta kirihagarika, eka nta n'umwe boronka yobahagarikira, akanabatunganiriza ivyabo atari Yo;

ٱللَّهُ بِقَوۡمٖ سُوٓءٗا فَلَا مَرَدَّ لَهُۥۚ وَمَا لَهُم مِّن دُونِهِۦ مِن وَالٖ ١١

12. Ni Yo Ibereka mu vyemezo vyayo umuravyo, gutyo mugatinya ko mwokubitwa n'inkuba, mukanipfuza ko imvura yogwa; ni no ku bushobozi bwayo rero, Irema ibicu bibitse imvura ku neza yanyu.

هُوَ ٱلَّذِي يُرِيكُمُ ٱلۡبَرۡقَ خَوۡفٗا وَطَمَعٗا وَيُنشِئُ ٱلسَّحَابَ ٱلثِّقَالَ ١٢

13. Burya rero, imituragaro iraninahaza Imana Allah kw'ishimagizwa ryayo, abamalayika na bo bakayeza bayitagatifuza mu kuyitinya, maze Imana Allah Ikarungika inkuba, abo Ishatse mu biremwa bagakubitwa na nya nkuba bagahwera, abagarariji na bo bakabandanya guharira ko hari Imana Imwe Rudende Allah Ishoboye kuzura ibiremwa, kandi ari Yo Nyeninguvu Nyenubushobozi mu guhana ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo.

وَيُسَبِّحُ ٱلرَّعۡدُ بِحَمۡدِهِۦ وَٱلۡمَلَٰٓئِكَةُ مِنۡ خِيفَتِهِۦ وَيُرۡسِلُ ٱلصَّوَٰعِقَ فَيُصِيبُ بِهَا مَن يَشَآءُ وَهُمۡ يُجَٰدِلُونَ فِي ٱللَّهِ وَهُوَ شَدِيدُ ٱلۡمِحَالِ ١٣

14. Ni Yo gusa rero, Ikwiye igisabo c'ukuri gishingiye ku kwemera ko ata mana y'ukuri ikwiye gusengwa atari Imana Allah; ibigirwamana basaba mu gishingo cayo, ntibishoboye kubishura ku kintu na kimwe. Ababisaba bameze nk'umuntu yishwe n'inyota, atega amashi amazi kandi ari kure yayo, agerageza kunywesha umunwa kandi adashoboye kuyashikira; isaba ry'abagarariji rikorerwa ibigirwamana, riri kure cane y'ukwakirwa.

لَهُۥ دَعۡوَةُ ٱلۡحَقِّۖ وَٱلَّذِينَ يَدۡعُونَ مِن دُونِهِۦ لَا يَسۡتَجِيبُونَ لَهُم بِشَيۡءٍ إِلَّا كَبَٰسِطِ كَفَّيۡهِ إِلَى ٱلۡمَآءِ لِيَبۡلُغَ فَاهُ وَمَا هُوَ بِبَٰلِغِهِۦۚ وَمَا دُعَآءُ ٱلۡكَٰفِرِينَ إِلَّا فِي ضَلَٰلٖ ١٤

15. Ibiremwa biri mu majuru no mw'isi, vyose vyubamira Imana Allah; abemeramana muri vyo, bayubamira ku bugamburutsi nta ngere no ku bushake; abagarariji na bo bicisha bugufi kuri Yo vyanka bikunda, kuko kuri bo ukwicisha bugufi kwategerezwa kuba ndemanwa n'aho mu buzima bwabo barangwa n'ubugarariji. Ivyo biremwa vyose rero, vyidegemvya igitondo n'umugoroba ku bushobozi n'ububasha vyayo.

وَلِلَّهِ يَسۡجُدُ مَن فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ طَوۡعٗا وَكَرۡهٗا وَظِلَٰلُهُم بِٱلۡغُدُوِّ وَٱلۡأٓصَالِ ١٥

16. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Ni nde Imana Rurema, Ikaba n'Umubungabunzi w'amajuru n'isi!". Vuga ubabwire uti: "Imana Allah, ni Yo Rurema, Ikaba n'Umubungabunzi wavyo". Babwire ubagondoze uti: "Bishoboka gute rero ko mureka gusenga Imana Allah, maze mukagira mu gishingo cayo ibigirwamana musenga ata co vyimariye, ata n'ico vyiyicira, nkeswe kugira ico bibamariye, canke ico bibiciye!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mbega burya impumyi[1] n'uwubona[2], barangana mu butore! Canke burya umwijima

قُلۡ مَن رَّبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ قُلِ ٱللَّهُۚ قُلۡ أَفَٱتَّخَذۡتُم مِّن دُونِهِۦٓ أَوۡلِيَآءَ لَا يَمۡلِكُونَ لِأَنفُسِهِمۡ نَفۡعٗا وَلَا ضَرّٗاۚ قُلۡ هَلۡ يَسۡتَوِي ٱلۡأَعۡمَىٰ وَٱلۡبَصِيرُ أَمۡ هَلۡ تَسۡتَوِي ٱلظُّلُمَٰتُ وَٱلنُّورُۗ أَمۡ جَعَلُواْ لِلَّهِ شُرَكَآءَ

[1] Umugarariji atabona ukuri ngo agukurikire, agereranywa n'impumyi.
[2] Umwemeramana abona ukuri akagukurikira, agereranywa n'umuntu abona.

w'ubugarariji, ni nk'umuco w'ukwemera! Kibure ibigirwamana babangikanya n'Imana Allah, vyoba vyararemye nk'irema ryayo, haraheza haba ukwitiranya ivyaremwe na vyo n'ivyaremwe na Yo, gushika n'aho ivyaremye nk'irema ryayo bisengwa ha kuyisenga!". Ntumwa y'Imana! Babwire ubakurire inkoni ku gashitsi uti: "Imana Allah, ni Yo Rurema w'ikintu ico ari co cose, Nyarudende, Nyeninkomezi-ntangere".

خَلَقُواْ كَخَلۡقِهِۦ فَتَشَٰبَهَ ٱلۡخَلۡقُ عَلَيۡهِمۡۚ قُلِ ٱللَّهُ خَٰلِقُ كُلِّ شَيۡءٖ وَهُوَ ٱلۡوَٰحِدُ ٱلۡقَهَّارُ ١٦

17. Imana Allah, ni Yo Ituma hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, maze nya mvura yamara kugwa, amazi agatembera mu tubande, gutyo akabande kose kakakira nya mazi ku rugero rw'uko kangana; imigende na yo igaheza igasesera ku mpande zayo inkukura ata co imaze, yahitanwe na nya mazi[1]. Imana Allah, Irongera Igatanga akandi karorero k'iyazwa ry'ubutare ku muriro kugira buhingurwemwo ibisharizo[2] canke ibindi bikoresho[3], na ho nyene ko agataka ata co kamaze gaheza kakaja ukwako. Ni nk'ukwo rero Imana Allah Itanga akarorero kw'ukuri, ukuri guca mu ziko ntigushe n'ikinyoma kitamara kabiri; ibihitanwa n'inkukura y'amazi, n'agataka gakurwa n'umuriro mu butare, biraheza bigacika impfagusa; na yo amazi n'ubutare nyabwo bifitiye abantu akamaro, biraheza bigasigara mw'isi. Ni nk'ukwo nyene rero Imana Allah Iha uburorero abantu kugira batandukanye ukuri n'ikinyoma.

أَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءٗ فَسَالَتۡ أَوۡدِيَةُۢ بِقَدَرِهَا فَٱحۡتَمَلَ ٱلسَّيۡلُ زَبَدٗا رَّابِيٗاۚ وَمِمَّا يُوقِدُونَ عَلَيۡهِ فِي ٱلنَّارِ ٱبۡتِغَآءَ حِلۡيَةٍ أَوۡ مَتَٰعٖ زَبَدٞ مِّثۡلُهُۥۚ كَذَٰلِكَ يَضۡرِبُ ٱللَّهُ ٱلۡحَقَّ وَٱلۡبَٰطِلَۚ فَأَمَّا ٱلزَّبَدُ فَيَذۡهَبُ جُفَآءٗۖ وَأَمَّا مَا يَنفَعُ ٱلنَّاسَ فَيَمۡكُثُ فِي ٱلۡأَرۡضِۚ كَذَٰلِكَ يَضۡرِبُ ٱللَّهُ ٱلۡأَمۡثَالَ ١٧

18. Abemeramana bumviye Imana yabo Rurema Allah n'Intumwa yayo, bagenewe Ubwami bw'ijuru. Nayo abatayumviye bakagarariza, bagenewe umuriro. Iyo abagarariji bobaye bagaba ibiri mw'isi vyose vyigwije na kabiri, maze bakavyigomboza ku musi w'izuka, ntivyokwemewe namba. Abo, ni bo rero bagenewe iharurirwa ribi ku vyo bakoze, ubushikiro bwabo ni mu muriro wa Jahannamu, ni na bwo busaswa bubi cane.

لِلَّذِينَ ٱسۡتَجَابُواْ لِرَبِّهِمُ ٱلۡحُسۡنَىٰۚ وَٱلَّذِينَ لَمۡ يَسۡتَجِيبُواْ لَهُۥ لَوۡ أَنَّ لَهُم مَّا فِي ٱلۡأَرۡضِ جَمِيعٗا وَمِثۡلَهُۥ مَعَهُۥ لَٱفۡتَدَوۡاْ بِهِۦٓۚ أُوْلَٰٓئِكَ لَهُمۡ سُوٓءُ ٱلۡحِسَابِ وَمَأۡوَىٰهُمۡ جَهَنَّمُۖ وَبِئۡسَ ٱلۡمِهَادُ ١٨

19. Ntumwa y'Imana! Mbega burya uwuzi ko ivyo wamanuriwe n'Imana yawe Rurema ari kwo kuri akakwemera, ni nk'impumyi itabona ukuri ngo ikwemere! Mu vy'ukuri, abibuka bakikebuka, ni abanyabwenge;

۞أَفَمَن يَعۡلَمُ أَنَّمَآ أُنزِلَ إِلَيۡكَ مِن رَّبِّكَ ٱلۡحَقُّ كَمَنۡ هُوَ أَعۡمَىٰٓۚ إِنَّمَا يَتَذَكَّرُ أُوْلُواْ ٱلۡأَلۡبَٰبِ ١٩

20. Abubahiriza isezerano ry'Imana Allah ryo kuyisenga ari Imwe Rudende, ntibanadohoke kw'isezerano

ٱلَّذِينَ يُوفُونَ بِعَهۡدِ ٱللَّهِ وَلَا يَنقُضُونَ ٢٠

[1] Aka ni akarorero k'ukuri gatandukanya ukuri n'ikinyoma, aho Imana Allah Igereranya ukuri n'amazi y'imvura, Ikagereranya ikinyoma n'inkukura umugende w'amazi ukumakumira ku mpande zawo.
[2] Nk'ibihinguwe mu butare bw'inzahabu n'umwakaka.
[3] Nk'ibihinguwe mu butare bw'umujumpu.

rishimangirwa cane mu nyigisho z'intumwa zose (za nyakugira amahoro y'Imana Allah);

21. Abunga ubucuti n'ubuvandimwe, Imana Allah Yategetse ko bwungwa[1], bagatinya Imana yabo Rurema Allah, bakanatinya iharurirwa ribi ryo kutababarirwa ivyaha;

وَٱلَّذِينَ يَصِلُونَ مَآ أَمَرَ ٱللَّهُ بِهِۦٓ أَن يُوصَلَ وَيَخْشَوْنَ رَبَّهُمْ وَيَخَافُونَ سُوٓءَ ٱلْحِسَابِ ﴿٢١﴾

22. Abihanganira iyumviramana, bakihanganira no kudakora ivyaha barondera gushimwa n'Imana yabo Rurema Allah; bagatsimbataza n'amasengesho; bagatanga no mu vyo Twabaronkeje ishikanwa-bwirizwa hamwe n'izindi mperezwa, bakabitanga mu mpisho no ku mugaragaro; ikibi na co bakagisubiriza iciza; abo, ni bo rero bafise iherezo ryiza mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

وَٱلَّذِينَ صَبَرُوا۟ ٱبْتِغَآءَ وَجْهِ رَبِّهِمْ وَأَقَامُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ وَأَنفَقُوا۟ مِمَّا رَزَقْنَٰهُمْ سِرًّا وَعَلَانِيَةً وَيَدْرَءُونَ بِٱلْحَسَنَةِ ٱلسَّيِّئَةَ أُو۟لَٰٓئِكَ لَهُمْ عُقْبَى ٱلدَّارِ ﴿٢٢﴾

23. Iherezo ryabo, ni mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni". Ubwo Bwami bw'ijuru bazobwinjira babubemwo ubutakivayo, bazoba bari kumwe n'aberanda mu bavyeyi babo, abakenyezi babo no mu ruvyaro rwabo, abamalayika na bo bazokwinjira kubakeza ari urutavanako;

جَنَّٰتُ عَدْنٍ يَدْخُلُونَهَا وَمَن صَلَحَ مِنْ ءَابَآئِهِمْ وَأَزْوَٰجِهِمْ وَذُرِّيَّٰتِهِمْ ۖ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةُ يَدْخُلُونَ عَلَيْهِم مِّن كُلِّ بَابٍ ﴿٢٣﴾

24. Bavuga bati: "Murakagira amahoro, mwasimvye akabi ku kuntu mwihanganiye iyumviramana, burya iherezo ryiza, ni Ubwami bw'ijuru".

سَلَٰمٌ عَلَيْكُم بِمَا صَبَرْتُمْ ۚ فَنِعْمَ عُقْبَى ٱلدَّارِ ﴿٢٤﴾

25. Nayo abatubahiriza isezerano ry'Imana Allah ryo kuyisenga ari Imwe Rudende inyuma y'aho rishimangiwe cane mu nyigisho z'intumwa zose (za nyakugira amahoro y'Imana Allah), bagaca ubucuti n'ubuvandimwe, Imana Allah Yategetse ko bwungwa, bakagenzwa n'ubwononyi kw'isi mu gukwiragiza ivyaha; abo, ni bo rero bavumwe n'Imana Allah, ni na bo bafise iherezo ribi mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَٱلَّذِينَ يَنقُضُونَ عَهْدَ ٱللَّهِ مِنۢ بَعْدِ مِيثَٰقِهِۦ وَيَقْطَعُونَ مَآ أَمَرَ ٱللَّهُ بِهِۦٓ أَن يُوصَلَ وَيُفْسِدُونَ فِى ٱلْأَرْضِ أُو۟لَٰٓئِكَ لَهُمُ ٱللَّعْنَةُ وَلَهُمْ سُوٓءُ ٱلدَّارِ ﴿٢٥﴾

26. Imana Allah, ni Yo Ironsa uwo Ishatse mu biremwa umusesekara mu bimubeshaho, Ikagerera n'uwo Ishatse muri vyo. Abagararije, bobo banezerezwa no kuroranirwa mu buzima bwo kw'isi, burya ubuzima bwo kw'isi nta kirimwo kiretse ukuryoherwa akanya gato, ugereranije n'ubuzima bw'inyuma yo gupfa.

ٱللَّهُ يَبْسُطُ ٱلرِّزْقَ لِمَن يَشَآءُ وَيَقْدِرُ ۚ وَفَرِحُوا۟ بِٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا وَمَا ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَا فِى ٱلْءَاخِرَةِ إِلَّا مَتَٰعٌ ﴿٢٦﴾

27. Abagararije bavuga bati: "Muhamadi, ntiyari gutuma amanurirwa igitangaro gifadika kivuye ku Mana yiwe Rurema Allah; nk'ibitangaro vyahawe Musa canke Isa mwene Mariyamu!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mu vy'ukuri Imana Allah, Ihubisha uwo Ishatse ku butumva bwiwe, Ikarongora mw'idini ryayo ry'ukuri uwugaruka kuri Yo akigaya;

وَيَقُولُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لَوْلَآ أُنزِلَ عَلَيْهِ ءَايَةٌ مِّن رَّبِّهِۦ ۗ قُلْ إِنَّ ٱللَّهَ يُضِلُّ مَن يَشَآءُ وَيَهْدِىٓ إِلَيْهِ مَنْ أَنَابَ ﴿٢٧﴾

[1] Nko gufasha abavandimwe n'abakenye.

28. Abemeye Imana Allah, maze imitima yabo igatururuzwa n'itazira n'ininahazamana. Bantu, nimwumve mwumvireho! Burya, imitima itururuzwa n'igamburukiramana hamwe n'itazira n'ininahazamana".

ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَتَطۡمَئِنُّ قُلُوبُهُم بِذِكۡرِ ٱللَّهِۗ أَلَا بِذِكۡرِ ٱللَّهِ تَطۡمَئِنُّ ٱلۡقُلُوبُ ٢٨

29. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo rero, bagakora n'ivyiza bitegetswe, bazogira akamwemwe k'ivyiza binezereye ijisho, bahabwe n'ubushikiro bwiza mu Bwami bw'ijuru.

ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ طُوبَىٰ لَهُمۡ وَحُسۡنُ مَـَٔابٖ ٢٩

30. Ntumwa y'Imana! Ni nk'ukwo nyene rero Twakurungitse ku bantu inyuma yuko hamaze guca imigwi myinshi y'abantu, kugira ubasomere Qor'ani Twaguhishuriye mu gihe bakigarariza Imana Nyenimpuhwe. Ntumwa y'Imana! Babwire rero uti: "Nyenimpuhwe mugarariza, ni Yo Mana yanje Rurema Allah, nta mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, ni Yo rero nishimikije nkizera, ni no kuri Yo ngaruka nkigaya".

كَذَٰلِكَ أَرۡسَلۡنَٰكَ فِيٓ أُمَّةٖ قَدۡ خَلَتۡ مِن قَبۡلِهَآ أُمَمٞ لِّتَتۡلُوَاْ عَلَيۡهِمُ ٱلَّذِيٓ أَوۡحَيۡنَآ إِلَيۡكَ وَهُمۡ يَكۡفُرُونَ بِٱلرَّحۡمَٰنِۚ قُلۡ هُوَ رَبِّي لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ عَلَيۡهِ تَوَكَّلۡتُ وَإِلَيۡهِ مَتَابِ ٣٠

31. Iyo haba Qor'ani yosomwa, maze ikagendesha imisozi ikava aho iri, canke igatuma isi isadagurika igatemba inzuzi, canke igatuma abapfuye bazuka bakavuga, yobaye ari iyi Qor'ani [1]; kandi hamwe n'ivyo vyose, ntivyotumye bayemera. Burya rero Imana Allah, ni Yo Nyene gushinga ingingo zose mu kwerekana ibitangaro, n'ibindi. Mbega abemeramana ntibazi ko iyo Imana Allah Ishaka, Yari gutuma abantu bose kw'isi, bemera hatarinze kuba ibitangaro! Abagararije rero, ntibazoreka gushikirwa n'ivyago bitewe n'igarariza ryabo; nko kwicwa no kugirwa imbohe, canke nya vyago bishikire ababanyi b'aho bacumbitse, gushika n'aho isezerano ry'Imana Allah ryo kuneshwa kwabo, rizoshika. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntica kubiri n'isezerano.

وَلَوۡ أَنَّ قُرۡءَانٗا سُيِّرَتۡ بِهِ ٱلۡجِبَالُ أَوۡ قُطِّعَتۡ بِهِ ٱلۡأَرۡضُ أَوۡ كُلِّمَ بِهِ ٱلۡمَوۡتَىٰۗ بَل لِّلَّهِ ٱلۡأَمۡرُ جَمِيعًاۗ أَفَلَمۡ يَاْيۡـَٔسِ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَن لَّوۡ يَشَآءُ ٱللَّهُ لَهَدَى ٱلنَّاسَ جَمِيعٗاۗ وَلَا يَزَالُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ تُصِيبُهُم بِمَا صَنَعُواْ قَارِعَةٌ أَوۡ تَحُلُّ قَرِيبٗا مِّن دَارِهِمۡ حَتَّىٰ يَأۡتِيَ وَعۡدُ ٱللَّهِۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُخۡلِفُ ٱلۡمِيعَادَ ٣١

32. Ntumwa y'Imana! Nibaba batebura kw'ishikirizabutumwa ryawe, si wewe uzoba ubaye uwa mbere, ni ukuri harabaye itebura ku Ntumwa z'aho hambere yawe, maze Ndatenyenyera gato abagararije, hanyuma ndaheza ndabashikura, ndabahana. Ntumwa y'Imana! Ehe raba rero, ukuntu Nabahanye Nkabahasha!

وَلَقَدِ ٱسۡتُهۡزِئَ بِرُسُلٖ مِّن قَبۡلِكَ فَأَمۡلَيۡتُ لِلَّذِينَ كَفَرُواْ ثُمَّ أَخَذۡتُهُمۡۖ فَكَيۡفَ كَانَ عِقَابِ ٣٢

33. Burya, Uwuhagarikiye Akazigama ibikorwa vy'ikiremwa ico ari co cose, ni We Akwiye gusengwa, canke ibiremwa ata co vyishoboje, vyafashwe bikabangikanywa n'Imana Allah mu gusengwa! Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Enda nyabuna, nimumbwire amazina n'amatazirano y'ivyo bigirwamana! Canke

أَفَمَنۡ هُوَ قَآئِمٌ عَلَىٰ كُلِّ نَفۡسِۭ بِمَا كَسَبَتۡۗ وَجَعَلُواْ لِلَّهِ شُرَكَآءَ قُلۡ سَمُّوهُمۡۚ أَمۡ تُنَبِّـُٔونَهُۥ بِمَا لَا يَعۡلَمُ فِي ٱلۡأَرۡضِ أَم بِظَٰهِرٖ مِّنَ ٱلۡقَوۡلِۗ بَلۡ زُيِّنَ لِلَّذِينَ كَفَرُواْ مَكۡرُهُمۡ

[1] Muri iyi Aayah, Imana Allah Yishura abasavye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ko yobaha ibitangaro bifadika kugira bayemere, ko Qor'ani ari co gitangaro gisumba ibitangaro vyose.

وَصُدُّواْ عَنِ ٱلسَّبِيلِۗ وَمَن يُضۡلِلِ ٱللَّهُ فَمَا لَهُۥ مِنۡ هَادٍ ٣٣

mushaka kubwira Imana Allah ko Ifise ababangikanywa na Yo mu bumana kw'isi, Itigeze Imenya! Canke mubita ababangikanye n'Imana Allah kw'izina gusa, kandi batigeze babaho koko!". Ahubwo rero bararyoherejwe na shetani ikinyoma c'ibangikanyamana ryabo, iraheza ibabuza gukurikira inzira y'Imana Allah. Uwubaye intumva rero, Imana Allah Ikamureka agahuba inzira kubera ubutumva bwiwe, nta n'umwe ashobora kumurongora mu nzira yayo.

لَّهُمۡ عَذَابٞ فِي ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَاۖ وَلَعَذَابُ ٱلۡأٓخِرَةِ أَشَقُّۖ وَمَا لَهُم مِّنَ ٱللَّهِ مِن وَاقٖ ٣٤

34. Abagarariji barategekanirijwe ibihano mu buzima bwo kw'isi; ni ukuri, baranategekanirijwe ibihano ruhasha mu buzima bw'inyuma yo gupfa, nta n'ikizobakingira ibihano vy'Imana Allah.

۞مَّثَلُ ٱلۡجَنَّةِ ٱلَّتِي وُعِدَ ٱلۡمُتَّقُونَۖ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُۖ أُكُلُهَا دَآئِمٞ وَظِلُّهَاۚ تِلۡكَ عُقۡبَى ٱلَّذِينَ ٱتَّقَواْ وَّعُقۡبَى ٱلۡكَٰفِرِينَ ٱلنَّارُ ٣٥

35. Ibiranga Ubwami bw'ijuru bwasezeraniwe abagamburukiramana, ni uko musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi; ivyamwa vy'aho vyamaho; n'agatutu k'aho ntikigera karenga. Ihembwa ry'Ubwami bw'ijuru rero, ni ryo herezo ryiza ry'abagamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Nayo iherezo ry'abagarariji, ni mu muriro.

وَٱلَّذِينَ ءَاتَيۡنَٰهُمُ ٱلۡكِتَٰبَ يَفۡرَحُونَ بِمَآ أُنزِلَ إِلَيۡكَۖ وَمِنَ ٱلۡأَحۡزَابِ مَن يُنكِرُ بَعۡضَهُۥۚ قُلۡ إِنَّمَآ أُمِرۡتُ أَنۡ أَعۡبُدَ ٱللَّهَ وَلَآ أُشۡرِكَ بِهِۦٓۚ إِلَيۡهِ أَدۡعُواْ وَإِلَيۡهِ مَـَٔابِ ٣٦

36. No mu bahawe Igitabu mu bayahudi n'abanaswara, harimwo abakwemeye baraheza baragukurikira[1], baranahimbarwa na Qor'ani wamanuriwe kuko ishimangira ukuri basanzwe bazi; no mu migwi yiyunze mu kukugarariza[2], harimwo abahakana bivuye inyuma bimwe mu vyo wamanuriwe. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Ni ukuri, nategetswe n'Imana Allah ko noyisenga Yo Yonyene, ntayibangikanya na kimwe; ndarikira abantu ko boyisenga ari Imwe Rudende batayibangikanya, n'ubuganuko bwanje rero ni kuri Yo".

وَكَذَٰلِكَ أَنزَلۡنَٰهُ حُكۡمًا عَرَبِيّٗاۚ وَلَئِنِ ٱتَّبَعۡتَ أَهۡوَآءَهُم بَعۡدَ مَا جَآءَكَ مِنَ ٱلۡعِلۡمِ مَا لَكَ مِنَ ٱللَّهِ مِن وَلِيّٖ وَلَا وَاقٖ ٣٧

37. Ntumwa y'Imana! Nk'uko Twamanuriye Ibitabu Abavugishwamana mu rurimi rwabo, Twakumanuriye Qor'ani mu rurimi rw'icarabu, kugira ngo uyisunge mu gufata ingingo; niwahirahira rero ngo ukurikire ivyipfuzo vy'ababangikanyamana mu gusenga ikitari Imana Allah, inyuma y'aho umaze gushikirwa n'ukuri kuvuye ku Mana Allah, ntuzoronka umuhagarikizi agukura mu bihano vy'Imana Allah, eka nta n'uwubigukingira uzoronka.

وَلَقَدۡ أَرۡسَلۡنَا رُسُلٗا مِّن قَبۡلِكَ وَجَعَلۡنَا لَهُمۡ أَزۡوَٰجٗا وَذُرِّيَّةٗۚ وَمَا كَانَ لِرَسُولٍ أَن يَأۡتِيَ بِـَٔايَةٍ إِلَّا بِإِذۡنِ ٱللَّهِۗ لِكُلِّ أَجَلٖ كِتَابٞ ٣٨

38. Baratangazwa n'uko wabira abakenyezi kandi uri Intumwa! Ni ukuri, Twararungitse Intumwa aho hambere yawe, Tuziha ukwabira abakenyezi, Tunaziha n'uruvyaro. Baridoga ngo iyo aba ari Intumwa vy'ukuri, yari kutuzanira

[1] Nk'umuyahudi yitwa Abdullahi mwene Salam n'umunaswara yitwa Al-Najashiy, akaba yari umwami wo muri Etiyopiya.

[2] Nka Al-Sayyid na Al'aqib, bari abapadiri b'ahitwa Najraani, na Ka'bu mwene Al-Ashraf.

ibitangaro tumusaba. Nta Ntumwa n'imwe ifise ubushobozi bwo kuzana igitangaro atari ku bubasha n'ubushake vy'Imana Allah. Burya rero, isango ry'ishirwa mu ngiro ry'ikintu cose, riba ryaranditswe mu vyagezwe n'Imana Allah;

39. Imana Allah Iraheza Igahanagura ico Ishatse mu ngingo zayo, Ikanagumiza ivyo Ishatse gushira mu ngiro uko biri ku ntumbero nziza, ni na Yo Ifise Igitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudh".

يَمْحُواْ ٱللَّهُ مَا يَشَآءُ وَيُثْبِتُۖ وَعِندَهُۥٓ أُمُّ ٱلْكِتَٰبِ ﴿٣٩﴾

40. Ntumwa y'Imana! Hamwe Tworamuka Tukweretse bimwe mu bihano Twasezeraniye abagarariji, bizoba ari ibihano bahabwa bakiri kw'isi; nitwakwaka ubuzima ugapfa utarabibona naho, menya ko ico ujejwe gusa ari ugushikiriza ubutumwa, na Twe Tujejwe iharura ry'ivyo bakoze no kubibahembera.

وَإِن مَّا نُرِيَنَّكَ بَعْضَ ٱلَّذِى نَعِدُهُمْ أَوْ نَتَوَفَّيَنَّكَ فَإِنَّمَا عَلَيْكَ ٱلْبَلَٰغُ وَعَلَيْنَا ٱلْحِسَابُ ﴿٤٠﴾

41. Mbega abagarariji ntibabonye ko Twebwe Allah, Dufata isi Tukagabanya inkengera zayo[1]! Burya Imana Allah, ni Yo Ishinga amateka, nta n'umwe rero ashobora guhagarika ishirwa mu ngiro ryayo, ni na Yo Inyarutsa mu guharurira ibiremwa.

أَوَلَمْ يَرَوْاْ أَنَّا نَأْتِى ٱلْأَرْضَ نَنقُصُهَا مِنْ أَطْرَافِهَاۚ وَٱللَّهُ يَحْكُمُ لَا مُعَقِّبَ لِحُكْمِهِۦۚ وَهُوَ سَرِيعُ ٱلْحِسَابِ ﴿٤١﴾

42. Ab'aho hambere yabo, barateze imitego Intumwa Twabarungikiye; burya, itegura ry'imitego yose ni iry'Imana Allah, Irazi neza na neza ico umuntu uwo ari we wese akora, caba iciza canke ikibi, kandi Izokimuhembera. Abagarariji rero nibimbe bigera, bazomenya ku musi w'izuka, uwuzogira iherezo ryiza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَقَدْ مَكَرَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ فَلِلَّهِ ٱلْمَكْرُ جَمِيعًاۖ يَعْلَمُ مَا تَكْسِبُ كُلُّ نَفْسٍۗ وَسَيَعْلَمُ ٱلْكُفَّٰرُ لِمَنْ عُقْبَى ٱلدَّارِ ﴿٤٢﴾

43. Abagararije bavuga babwira Umuvugishwamana Muhamadi bati: "Ntiwarungitswe n'Imana Allah". Ntumwa y'Imana! Bishure uvuge uti: "Imana Allah Irakwiye kuba Icabona c'uko ndi Intumwa, n'uko na mwe muri abahakanyi. N'abanyemeye mu bayahudi no mu banaswara bahawe ubumenyi bw'Igitabu, hanyuma ntibabunyegeza, na bo nyene barakwiye kuba ivyabona ko ndi Intumwa y'Imana".

وَيَقُولُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لَسْتَ مُرْسَلًاۚ قُلْ كَفَىٰ بِٱللَّهِ شَهِيدًۢا بَيْنِى وَبَيْنَكُمْ وَمَنْ عِندَهُۥ عِلْمُ ٱلْكِتَٰبِ ﴿٤٣﴾

[1] Mu kwigarurira kw'abislamu ibihugu vy'ababangikanyamana.

14. Ibraahiimu (Intumwa Ibrahimu)
Aayah 52, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Alif Laam Raa[1]. Ntumwa y'Imana! Iyi Qor'ani, ni Igitabu Twakumanuriye kugira ukure abantu mu muzimagiza w'ubuhuvyi, ubashire mu muco w'uburongozi bw'ubwislamu ku burenganzira bw'Imana yabo Rurema Allah; inzira ya Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenugushimwa;

الٓرۚ كِتَٰبٌ أَنزَلْنَٰهُ إِلَيْكَ لِتُخْرِجَ ٱلنَّاسَ مِنَ ٱلظُّلُمَٰتِ إِلَى ٱلنُّورِ بِإِذْنِ رَبِّهِمْ إِلَىٰ صِرَٰطِ ٱلْعَزِيزِ ٱلْحَمِيدِ ١

2. Imana Allah, Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi, Ibwirizwa gusengwa ari Imwe Rudende. Uguhanwa nya guhanwa mu guhabwa ibihano bikaze, ni ukw'abagarariji;

ٱللَّهِ ٱلَّذِى لَهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِۗ وَوَيْلٌ لِّلْكَٰفِرِينَ مِنْ عَذَابٍ شَدِيدٍ ٢

3. Bahitamwo ubuzima bugufi bwo kw'isi, ha guhitamwo ubuzima bwamaho bw'inyuma yo gupfa; baburagiza abantu kwinjira mw'idini ry'Imana Allah, bagashaka ko iryo dini ryisunga ivyipfuzo vyabo. Abo, ni bo rero bari mu muzimagiza uri kure cane y'ukuri.

ٱلَّذِينَ يَسْتَحِبُّونَ ٱلْحَيَوٰةَ ٱلدُّنْيَا عَلَى ٱلْءَاخِرَةِ وَيَصُدُّونَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ وَيَبْغُونَهَا عِوَجًا أُو۟لَٰٓئِكَ فِى ضَلَٰلٍۭ بَعِيدٍ ٣

4. Ntumwa y'Imana! Ntitwigeze Turungika aho hambere yawe Intumwa n'imwe, kiretse ko Twayirungika ivuga ururimi rw'abo yarungitsweko, kugira ibatomorere bikwiye amabwirizwa, gutyo Imana Allah Igahubisha uwo Ishatse ku butumva bwiwe, Ikanarongora uwo Ishatse ku bugamburutsi bwiwe, ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَمَآ أَرْسَلْنَا مِن رَّسُولٍ إِلَّا بِلِسَانِ قَوْمِهِۦ لِيُبَيِّنَ لَهُمْۖ فَيُضِلُّ ٱللَّهُ مَن يَشَآءُ وَيَهْدِى مَن يَشَآءُۚ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ٤

5. Ni ukuri, Twararungitse Musa kuri Bene Israyeli, Tumuteza intege ibitangaro vyacu bigaragaza ukuri kwiwe, Tumubwiriza duti: "Kura abantu warungitsweko mu muzimagiza w'ubuhuvyi ubashire mu muco w'uburongozi bw'ukuri, wongere ubibutse ku nema z'Imana Allah, ubagabishe no ku bihano vyayo". Mu vy'ukuri muri ukwo kwibutsa, ni ukuri harimwo ivyemezo bigaragara ku muntu wese yihanganira iyumviramana no kudakora ibibi, ashimira Imana Allah ku nema zayo[2].

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَا مُوسَىٰ بِـَٔايَٰتِنَآ أَنْ أَخْرِجْ قَوْمَكَ مِنَ ٱلظُّلُمَٰتِ إِلَى ٱلنُّورِ وَذَكِّرْهُم بِأَيَّىٰمِ ٱللَّهِۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّكُلِّ صَبَّارٍ شَكُورٍ ٥

6. Ntumwa y'Imana! Iganira abantu warungitsweko kahise ka Musa, igihe yabwira abantu muri Bene Israyeli ati: "Nimwibuke inema y'Imana Allah kuri mwebwe, igihe Ibakiza amagorwa y'abantu ba Firawuni yo gucurwa bufuni na buhoro, bababa ibihano bikomeye,

وَإِذْ قَالَ مُوسَىٰ لِقَوْمِهِ ٱذْكُرُوا۟ نِعْمَةَ ٱللَّهِ عَلَيْكُمْ إِذْ أَنجَىٰكُم مِّنْ ءَالِ فِرْعَوْنَ يَسُومُونَكُمْ سُوٓءَ ٱلْعَذَابِ وَيُذَبِّحُونَ

[2] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

[1] Muri iyi Aayah, Imana Allah Ishimangira canecane ku bantu barangwa n'inyifato zibiri "ukwihangana" no "gushima", kuko ari bo ivyemezo bigirira akamaro mu buzima.

bakanakerera abana banyu b'abahungu, bagasigaza abakobwa banyu ku gutinya ko mu bahungu hovamwo uwuzoza gukura ubutegetsi bwiwe. Muri ivyo vyose, harimwo kugeragezwa gukomeye kuvuye ku Mana yanyu Rurema Allah;

أَبۡنَآءَكُمۡ وَيَسۡتَحۡيُونَ نِسَآءَكُمۡۚ وَفِي ذَٰلِكُم بَلَآءٞ مِّن رَّبِّكُمۡ عَظِيمٞ ٦

7. Nimwibuke kandi, igihe Imana yanyu Rurema Allah Yabamenyesha Iti: "Nimwanshimira ku nema Nabahaye, ni ukuri Nzobongerereza umusesekara; nimwahakana inema zanje naho, muramenya ko mu vy'ukuri ibihano vyanje bikaze".

وَإِذۡ تَأَذَّنَ رَبُّكُمۡ لَئِن شَكَرۡتُمۡ لَأَزِيدَنَّكُمۡۖ وَلَئِن كَفَرۡتُمۡ إِنَّ عَذَابِي لَشَدِيدٞ ٧

8. Musa yarongeye ababwira ati: "N'aho mwogarariza Imana Allah mwebwe hamwe n'abari mw'isi bose, nta co mwoyitwara namba. Nimumenye mu vy'ukuri, ko Imana Allah ari Uwikenuye Yikenuye muri vyose; Nyenugushimwa, Ishimwa ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo mu bihe vyose".

وَقَالَ مُوسَىٰٓ إِن تَكۡفُرُوٓاْ أَنتُمۡ وَمَن فِي ٱلۡأَرۡضِ جَمِيعٗا فَإِنَّ ٱللَّهَ لَغَنِيٌّ حَمِيدٌ ٨

9. Bantu mwarungikiwe Intumwa Muhamadi! Mbega ntimurashikirwa n'inkuru z'abantu b'aho hambere yanyu; abantu ba Nuhu, aba Huudi n'aba Swalehe, hamwe n'abantu bo hanyuma yabo ata wodondagura igitigiri cabo kiretse Imana Allah! Intumwa barungikiwe, zarabazaniye ivyemezo bigaragara, baraheza barabihakana bivuye inyuma, batako baremanga n'ishavu n'akantu bati: "Mu vy'ukuri, twebwe turagararije, ntiturota twemera namba ivyo mwatuzaniye. Mu vy'ukuri, turafise impungenge ziturutse ku makenga y'ivyo muturarikira kwemera";

أَلَمۡ يَأۡتِكُمۡ نَبَؤُاْ ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِكُمۡ قَوۡمِ نُوحٖ وَعَادٖ وَثَمُودَ وَٱلَّذِينَ مِنۢ بَعۡدِهِمۡ لَا يَعۡلَمُهُمۡ إِلَّا ٱللَّهُۚ جَآءَتۡهُمۡ رُسُلُهُم بِٱلۡبَيِّنَٰتِ فَرَدُّوٓاْ أَيۡدِيَهُمۡ فِيٓ أَفۡوَٰهِهِمۡ وَقَالُوٓاْ إِنَّا كَفَرۡنَا بِمَآ أُرۡسِلۡتُم بِهِۦ وَإِنَّا لَفِي شَكّٖ مِّمَّا تَدۡعُونَنَآ إِلَيۡهِ مُرِيبٖ ٩

10. Intumwa zabo zabishuye ziti: "Karashize ingani mugire impungenge zo gusenga Imana Imwe Rudende Allah, Rurema Yaremye amajuru n'isi; Imana Allah Ibararikira ukwemera kugira Ababababarire ivyaha vyanyu vy'ibangikanyamana, kugira ngo ntibahane mukiri kw'isi, Iheze Irindirize umwe wese muri mwebwe gushika kw'isango ryiwe ntarengwa ryo gupfa!". Nya bantu bishuye Intumwa zabo bati: "Mwebwe nta co muri kiretse ko muri abantu nkatwe, nta gituma rero mwoba Intumwa mugashaka kutubuza gusenga ivyo abavyeyi bacu basenga mu bigirwamana. Enda nyabuna rero, nimutuzanire icemezo kigaragara cemeza ukuri ku vyo muvuga".

۞قَالَتۡ رُسُلُهُمۡ أَفِي ٱللَّهِ شَكّٞ فَاطِرِ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ يَدۡعُوكُمۡ لِيَغۡفِرَ لَكُم مِّن ذُنُوبِكُمۡ وَيُؤَخِّرَكُمۡ إِلَىٰٓ أَجَلٖ مُّسَمّٗىۚ قَالُوٓاْ إِنۡ أَنتُمۡ إِلَّا بَشَرٞ مِّثۡلُنَا تُرِيدُونَ أَن تَصُدُّونَا عَمَّا كَانَ يَعۡبُدُ ءَابَآؤُنَا فَأۡتُونَا بِسُلۡطَٰنٖ مُّبِينٖ ١٠

11. Nya Ntumwa zarishuye abantu bazo ziti: "Ni vyo ko twebwe ata co turi kiretse ko turi abantu nkamwe, ariko rero Imana Allah Iha ingabirano zayo uwo Ishatse mu baja bayo, Igaheza Ikamutora kuba Intumwa, nta n'ububasha dufise bwo kubazanira icemezo kigaragara cemeza ukuri ku vyo tuvuga, atari ku burenganzira bw'Imana Allah.

قَالَتۡ لَهُمۡ رُسُلُهُمۡ إِن نَّحۡنُ إِلَّا بَشَرٞ مِّثۡلُكُمۡ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ يَمُنُّ عَلَىٰ مَن يَشَآءُ مِنۡ عِبَادِهِۦۖ وَمَا كَانَ لَنَآ أَن نَّأۡتِيَكُم

Abemeramana rero, nibishimikize gusa Imana Allah, bayizere;

بِسُلْطَٰنٍ إِلَّا بِإِذْنِ ٱللَّهِۚ وَعَلَى ٱللَّهِ فَلْيَتَوَكَّلِ ٱلْمُؤْمِنُونَ ﴿١١﴾

12. Twobuzwa n'iki kwishimikiza Imana Allah tukayizera kandi Yaraturongoye mu nzira zidukiza ibihano, Ikadushoboza no kwubahiriza amabwirizwa y'idini ryayo! Dutegerezwa rero kwihanganira ibangamira ryanyu. Abizera nyabuna nibishimikize gusa Imana Allah, bayizere".

وَمَا لَنَآ أَلَّا نَتَوَكَّلَ عَلَى ٱللَّهِ وَقَدْ هَدَىٰنَا سُبُلَنَاۚ وَلَنَصْبِرَنَّ عَلَىٰ مَآ ءَاذَيْتُمُونَاۚ وَعَلَى ٱللَّهِ فَلْيَتَوَكَّلِ ٱلْمُتَوَكِّلُونَ ﴿١٢﴾

13. Abagararije, babwiye Intumwa zabo n'ishavu n'akantu bati: "Ni ukuri, dutegerezwa kubirukana tubomore mu bihugu vyacu, canke mugaruke mw'idini ryacu". Ni ho rero nya Ntumwa zahishurirwa n'Imana yazo Rurema Allah, Izibwira Iti: "Ubu rero ubutigu burageze; ni ukuri, Dutegerezwa guhonya abirenganije mu kugarariza Imana Allah n'Intumwa zayo;

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لِرُسُلِهِمْ لَنُخْرِجَنَّكُم مِّنْ أَرْضِنَآ أَوْ لَتَعُودُنَّ فِى مِلَّتِنَاۖ فَأَوْحَىٰٓ إِلَيْهِمْ رَبُّهُمْ لَنُهْلِكَنَّ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٣﴾

14. Ntumwa zanje! Inyuma y'ihonywa ryabo, ni ukuri Tuzobacumbikira mu kubakomorera - mwebwe hamwe n'ababakurikiye - ubutaka bahorako. Iryo honywa ryabo n'ikomorerwa ry'abemeramana ubutaka bahorako, nta makenga arimwo, ku muntu atinya ihagarikwa imbere yanje Jewe Allah, akaniyubara ihaniza ryanje ku bihano vyo ku musi w'izuka".

وَلَنُسْكِنَنَّكُمُ ٱلْأَرْضَ مِنۢ بَعْدِهِمْۚ ذَٰلِكَ لِمَنْ خَافَ مَقَامِى وَخَافَ وَعِيدِ ﴿١٤﴾

15. Ni ho rero Intumwa zatumbera Imana Allah ziyisaba ko Yoziha intsinzi, maze Imana Allah Irazumvira, gutyo uwo wese yigira igihangange c'intumva, arahanwa bikwiye;

وَٱسْتَفْتَحُواْ وَخَابَ كُلُّ جَبَّارٍ عَنِيدٍ ﴿١٥﴾

16. Imbere y'ico gihangange c'intumva, hari n'ibihano bikirindiriye mu muriro wa Jahannamu, kizonyweshwa amashira n'amaraso biva mu mibiri y'abantu bo mu muriro;

مِّن وَرَآئِهِۦ جَهَنَّمُ وَيُسْقَىٰ مِن مَّآءٍ صَدِيدٍ ﴿١٦﴾

17. Kizogerageza kumira nya mashira n'amaraso akatari gake, bihakwa kutarengana mu muhogo kubera akanuko n'umwokero wavyo; kizohabwa n'ibihano vy'ubwoko bwose ku bihimba vy'umubiri, kugeza n'aho cipfuza gupfa ngo kiruhuke kitari bupfe; n'inyuma y'ivyo bihano vyose, kizohabwa ibindi bihano biremereye.

يَتَجَرَّعُهُۥ وَلَا يَكَادُ يُسِيغُهُۥ وَيَأْتِيهِ ٱلْمَوْتُ مِن كُلِّ مَكَانٍ وَمَا هُوَ بِمَيِّتٍۖ وَمِن وَرَآئِهِۦ عَذَابٌ غَلِيظٌ ﴿١٧﴾

18. Akarorero k'ibikorwa vy'abagararije Imana yabo Rurema Allah, ni nk'umunyota utumurwa n'umuyaga ku musi w'igihuhusi cinshi, maze nya munyota ugatumuka wose; burya nta na kimwe rero bazosigarana cobungura ku Mana Allah[1]. Ibikorwa bidashingiye ku kwemera rero, ni wo muzimagiza uri kure cane y'ukuri.

مَّثَلُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِرَبِّهِمْۖ أَعْمَٰلُهُمْ كَرَمَادٍ ٱشْتَدَّتْ بِهِ ٱلرِّيحُ فِى يَوْمٍ عَاصِفٍۖ لَّا يَقْدِرُونَ مِمَّا كَسَبُواْ عَلَىٰ شَىْءٍۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلضَّلَٰلُ ٱلْبَعِيدُ ﴿١٨﴾

[1] Kuko igarariza ryabo ryabigize impfagusa birazimangana nka kurya umuyaga w'igihuhusi utumura umunyota.

19. Mwene Adamu! Mbega ntuzi ko Imana Allah Yaremye amajuru n'isi mu ntumbero yo kwerekana vy'ukuri ubumana n'ubushobozi bwayo, kugira ngo isengwe ari Imwe Rudende! Bene Adamu! Imana Allah Ishatse Yobahonya mwese, Ikabasubiriza ibindi biremwa biyigamburukira;

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ بِٱلْحَقِّ ۚ إِن يَشَأْ يُذْهِبْكُمْ وَيَأْتِ بِخَلْقٍ جَدِيدٍ ﴿١٩﴾

20. Eka ihonywa ryanyu n'irema ry'ibindi biremwa vyobasubirira, ntivyonanira namba Imana Allah.

وَمَا ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ بِعَزِيزٍ ﴿٢٠﴾

21. Ibiremwa vyose bizozuka ku musi w'izuka, maze bishengere imbere y'Imana Allah kugira Ibitunganirize. Abapfuye gukurikira abandi, bazobwira indongozi zabo bakurikiye bati: "Twebwe mu vy'ukuri, ni mwebwe twumvira kw'isi tukabakurikira, none kuri uno musi ntimwodukurako na kimwe mu bihano vy'Imana Allah!". Indongozi zabo zizokwishura ziti: "Iyo Imana Allah Idushoboza kw'isi tukemera, twari kubarongora mu nzira yayo, twarahuvye rero turanabahubisha, ryaba ihababura ry'ibihano canke ukuvyihanganira, vyose ni co kimwe kuri twese kuko nta buhungiro dufise, eka nta n'isaganirizo".

وَبَرَزُوا۟ لِلَّهِ جَمِيعًا فَقَالَ ٱلضُّعَفَٰٓؤُا۟ لِلَّذِينَ ٱسْتَكْبَرُوٓا۟ إِنَّا كُنَّا لَكُمْ تَبَعًا فَهَلْ أَنتُم مُّغْنُونَ عَنَّا مِنْ عَذَابِ ٱللَّهِ مِن شَىْءٍ ۚ قَالُوا۟ لَوْ هَدَىٰنَا ٱللَّهُ لَهَدَيْنَٰكُمْ ۖ سَوَآءٌ عَلَيْنَآ أَجَزِعْنَآ أَمْ صَبَرْنَا مَا لَنَا مِن مَّحِيصٍ ﴿٢١﴾

22. Imana Allah, Imaze gutunganiriza ibiremwa ku musi w'izuka, shetani izokwiyama abayikurikiye ivuge iti: "Mu vy'ukuri Imana Allah, Yarabasezeraniye isezerano ry'ukuri, ko hari izuka n'iharurirwa ry'ibiremwa, hanyuma nanje ndabaha isezerano ry'ikinyoma ko ata zuka, ata n'iharurirwa ry'ibiremwa bibaho, kira noneho nta n'ubushobozi nari ndabafiseko bwo kubahatira kunkurikira, kiretse ko nabararikiye kugarariza, muraheza muranyumvira. Kubera ivyo vyose rero, ntimunteko imiragwe, ahubwo nimuyiteko mwebwe nyene, jewe nta co ndabiyambazako, eka na mwe nyene nta co munyiyambazako mu bihano vy'Imana Allah; mu vy'ukuri, ndabiyamirije ku kuntu mwabangikanije Imana Allah. Mu vy'ukuri, abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, barategekanirijwe ibihano bibabaza".

وَقَالَ ٱلشَّيْطَٰنُ لَمَّا قُضِىَ ٱلْأَمْرُ إِنَّ ٱللَّهَ وَعَدَكُمْ وَعْدَ ٱلْحَقِّ وَوَعَدتُّكُمْ فَأَخْلَفْتُكُمْ ۖ وَمَا كَانَ لِىَ عَلَيْكُم مِّن سُلْطَٰنٍ إِلَّآ أَن دَعَوْتُكُمْ فَٱسْتَجَبْتُمْ لِى ۖ فَلَا تَلُومُونِى وَلُومُوٓا۟ أَنفُسَكُم ۖ مَّآ أَنَا۠ بِمُصْرِخِكُمْ وَمَآ أَنتُم بِمُصْرِخِىَّ ۖ إِنِّى كَفَرْتُ بِمَآ أَشْرَكْتُمُونِ مِن قَبْلُ ۗ إِنَّ ٱلظَّٰلِمِينَ لَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٢٢﴾

23. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe, bazokwinjizwa mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazobubamwo ibihe bidahera ku burenganzira bw'Imana yabo Rurema Allah, indamutso yabo muri nya Bwami, ni: "Gira amahoro y'Imana Allah".

وَأُدْخِلَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا بِإِذْنِ رَبِّهِمْ ۖ تَحِيَّتُهُمْ فِيهَا سَلَٰمٌ ﴿٢٣﴾

24. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye ukuntu Imana Allah Itanga akarorero k'ijambo ryiza ryo kwemera Imana

أَلَمْ تَرَ كَيْفَ ضَرَبَ ٱللَّهُ مَثَلًا كَلِمَةً طَيِّبَةً كَشَجَرَةٍ طَيِّبَةٍ أَصْلُهَا ثَابِتٌ وَفَرْعُهَا فِى ٱلسَّمَآءِ ﴿٢٤﴾

Imwe Rudende Allah[1], ko ari nk'igiti c'itende gitotahaye, gishinze imizi mu kuzimu, gishamitse kija hejuru;

25. Cama ivyamwa vyaco ku gihe Imana yaco Rurema Allah Yagitegekanirije[2]!. Burya Imana Allah, Iha uburorero abantu kugira bibuke, bikebuke.

تُؤْتِيٓ أُكُلَهَا كُلَّ حِينٍۭ بِإِذْنِ رَبِّهَا ۗ وَيَضْرِبُ ٱللَّهُ ٱلْأَمْثَالَ لِلنَّاسِ لَعَلَّهُمْ يَتَذَكَّرُونَ ﴿٢٥﴾

26. Nayo akarorero k'ijambo ribi ryo kugarariza Imana Allah; ni nk'igiti kibi kirura, caranduwe kuko imizi yaco idashika mu kuzimu, ntikigire n'amashami akura aja hejuru[3].

وَمَثَلُ كَلِمَةٍ خَبِيثَةٍ كَشَجَرَةٍ خَبِيثَةٍ ٱجْتُثَّتْ مِن فَوْقِ ٱلْأَرْضِ مَا لَهَا مِن قَرَارٍ ﴿٢٦﴾

27. Burya Imana Allah, Iratsimbataza abemeramana kw'ijambo ry'ukuri ryo kwemera no kwemanga ata guhigimanga, ko Imana Allah ari Imwe Rudende, n'uko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari Intumwa yayo[4]; Irabatsimbataza bakarigendera mu buzima bwo kw'isi, bakanapfa baryemanga[5] no mu buzima bw'inyuma yo gupfa; Imana Allah, Iranahubisha abirenganije bakayigarariza mu kutabashoboza gutumbera ukuri mu buzima bwo kw'isi, no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Burya Imana Allah, Igira ivyo Ishatse mu gushoboza abemeramana kugira iherezo ryiza canke gutetereza abagarariji.

يُثَبِّتُ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ بِٱلْقَوْلِ ٱلثَّابِتِ فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا وَفِى ٱلْـَٔاخِرَةِ ۖ وَيُضِلُّ ٱللَّهُ ٱلظَّٰلِمِينَ ۚ وَيَفْعَلُ ٱللَّهُ مَا يَشَآءُ ﴿٢٧﴾

28. Mbega muntu! Ntiwabonye abahakanye inema z'Imana Allah mu Bakorayishi, bahisemwo kuyigarariza ha kuyishimira kw'iteka n'itekane Yabahaye, Ikanarungika muri bo Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Nashoreye abantu babo kwicirwa ku rugamba rwa Badri, ku buhomba bwo guhona!

۞ أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ بَدَّلُوا۟ نِعْمَتَ ٱللَّهِ كُفْرًا وَأَحَلُّوا۟ قَوْمَهُمْ دَارَ ٱلْبَوَارِ ﴿٢٨﴾

29. Umuriro wa Jahannamu bazowinjira baheze bawote; ubwo rero, ni bwo buraro n'uburamuko bubi cane.

جَهَنَّمَ يَصْلَوْنَهَا ۖ وَبِئْسَ ٱلْقَرَارُ ﴿٢٩﴾

30. Abagarariji bagiriye Imana Allah ababangikanywa na Yo, kugira bahubishe abantu mw'idini ryayo. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Nimuryoherwe gato mu buzima bwo kw'isi, mu vy'ukuri amaherezo yanyu ni mu muriro".

وَجَعَلُوا۟ لِلَّهِ أَندَادًا لِّيُضِلُّوا۟ عَن سَبِيلِهِۦ ۗ قُلْ تَمَتَّعُوا۟ فَإِنَّ مَصِيرَكُمْ إِلَى ٱلنَّارِ ﴿٣٠﴾

31. Ntumwa y'Imana! Bwira abaja banje bemeye vy'ukuri, batsimbataze isengesho rikwije ibisabwa ku mwanya waryo, banatange mu mpisho no ku mugaragaro mu vyo

قُل لِّعِبَادِىَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ يُقِيمُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ وَيُنفِقُوا۟ مِمَّا رَزَقْنَٰهُمْ سِرًّا وَعَلَانِيَةً مِّن

[1] "LAA ILAAHA ILLA LLAAH"
[2] Ukwemera rero, ni nk'ico giti ciza; gutsimbataye mu mutima, kugashamika ibikorwa bitegetswe n'ingeso nziza zishimisha Imana Allah, ivyo vyose bigaheza bigahemberwa n'Imana Allah ku gihe.
[3] Ukugarariza rero, ni nk'ico giti kibi; nta na kimwe kwungura umugarariji, eka nta n'ibikorwa vyiza bitegetswe akora ngo abihemberwe n'Imana Allah.
[4] "LAA ILAAHA ILLA LLAAH, MUHAMMADUN RASUULU LLAAH".
[5] No mu gihe babajijwe n'abamalayika babiri mu mva, Iraheza Ikabashoboza kwishura neza.

Twabaronkeje, imbere yuko bashikirwa n'umusi, ukwigombora canke ubugenzi vy'umuntu ata co bizomumarira.

قَبۡلِ أَن يَأۡتِيَ يَوۡمٞ لَّا بَيۡعٞ فِيهِ وَلَا خِلَٰلٞ ٣١

32. Imana Allah Yaremye amajuru n'isi, Iraheza Ituma n'imvura igwa ivuye mu bicu izananye mu kirere, Iratotahaza isi yagadutse, maze Ibamereshereza ivyamwa bibabeshaho hakoreshejwe nya mazi y'imvura, Iborohereza ku burenganzira bwayo kugendera mu bwato busunikwa n'umuyaga buciye mw'ibahari, Ibashoboza no kwikora ku nzuzi mu kunywa mwebwe hamwe n'ibitungwa vyanyu, no mu kuvomera indimo, n'ibindi;

ٱللَّهُ ٱلَّذِي خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ وَأَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءٗ فَأَخۡرَجَ بِهِۦ مِنَ ٱلثَّمَرَٰتِ رِزۡقٗا لَّكُمۡۖ وَسَخَّرَ لَكُمُ ٱلۡفُلۡكَ لِتَجۡرِيَ فِي ٱلۡبَحۡرِ بِأَمۡرِهِۦۖ وَسَخَّرَ لَكُمُ ٱلۡأَنۡهَٰرَ ٣٢

33. Yabashoboje no kwikora ku zuba no ku kwezi bitigera bihagarara n'akanya na gato, kugira mworoherwe kuba kw'isi, Iranabaremera ijoro n'umurango kugira muturure, muruhuke mw'ijoro muheze murondere icorirenza ku murango.

وَسَخَّرَ لَكُمُ ٱلشَّمۡسَ وَٱلۡقَمَرَ دَآئِبَيۡنِۖ وَسَخَّرَ لَكُمُ ٱلَّيۡلَ وَٱلنَّهَارَ ٣٣

34. Yaranabahaye no muri ivyo vyose muyisaba. Mu gihe mwodondagura ido n'ido inema z'Imana Allah, ntimwogenda mushoboye kuziharura ngo muyishimire. Mu vy'ukuri zina kiremwa-muntu, ni ukuri arirenganya akimonogoza, inema z'Imana Allah akazihakana pe!

وَءَاتَىٰكُم مِّن كُلِّ مَا سَأَلۡتُمُوهُۚ وَإِن تَعُدُّواْ نِعۡمَتَ ٱللَّهِ لَا تُحۡصُوهَآۗ إِنَّ ٱلۡإِنسَٰنَ لَظَلُومٞ كَفَّارٞ ٣٤

35. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Ibrahimu yasaba Imana Allah, Ikamwumvira, yasaba avuga ati[1]: "Mana yanje Rurema Allah! Iki gisagara ca Makka kigire ihanga ritekanye, maze jewe hamwe n'uruvyaro rwanje, Udushire kure yo gusenga ibigirwamana;

وَإِذۡ قَالَ إِبۡرَٰهِيمُ رَبِّ ٱجۡعَلۡ هَٰذَا ٱلۡبَلَدَ ءَامِنٗا وَٱجۡنُبۡنِي وَبَنِيَّ أَن نَّعۡبُدَ ٱلۡأَصۡنَامَ ٣٥

36. Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri, ibigirwamana vyabaye imvo yo guhuba kwa benshi mu bantu inzira y'ukuri. Kubera ivyo rero, uwuzonkurikira muri bo akemera, azoba akurikiye idini ry'ubwislamu n'imigenzo vyanje; nayo uwuzogabitanya ku kutanyumvira mu bitari ibangikanyamana, mu vy'ukuri ni Wewe uri Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bawe;

رَبِّ إِنَّهُنَّ أَضۡلَلۡنَ كَثِيرٗا مِّنَ ٱلنَّاسِۖ فَمَن تَبِعَنِي فَإِنَّهُۥ مِنِّيۖ وَمَنۡ عَصَانِي فَإِنَّكَ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٣٦

37. Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri jewe, nacumbikiye bamwe mu muryango wanje mu bugaragwa, mu kabande katagira indimo, katanagira n'amazi, hambavu y'ingoro yawe ntagatifu, ivyo vyose nkaba nabigize kugira batsimbataze isengesho; kubera ivyo rero, Uratuma imishaha y'abantu ibahurumbira, Wongere Ubaronse ibibabeshaho mu vyamwa vy'ubwoko bwose, kugira bagushimire ku nema zawe;

رَّبَّنَآ إِنِّيٓ أَسۡكَنتُ مِن ذُرِّيَّتِي بِوَادٍ غَيۡرِ ذِي زَرۡعٍ عِندَ بَيۡتِكَ ٱلۡمُحَرَّمِ رَبَّنَا لِيُقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ فَٱجۡعَلۡ أَفۡـِٔدَةٗ مِّنَ ٱلنَّاسِ تَهۡوِيٓ إِلَيۡهِمۡ وَٱرۡزُقۡهُم مِّنَ ٱلثَّمَرَٰتِ لَعَلَّهُمۡ يَشۡكُرُونَ ٣٧

[1] Yasavye iki gisabisho inyuma y'aho yimuriye umukenyezi wiwe Hajara hamwe n'umwana wiwe Ismayili, akabacumbikira mu kabande ka Makka.

38. Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri, Wewe Urazi neza ivyo duhisha n'ivyo tugaragaza. Eka nta n'ikintu na kimwe Imana Allah Itazi mu biremwa, haba kw'isi canke mw'ijuru".

رَبَّنَآ إِنَّكَ تَعۡلَمُ مَا نُخۡفِي وَمَا نُعۡلِنُۗ وَمَا يَخۡفَىٰ عَلَى ٱللَّهِ مِن شَيۡءٖ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَلَا فِي ٱلسَّمَآءِ ٣٨

39. Ibrahimu yarashimagije Imana Allah[1] ati: "Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, Yo Yandonkeje mu busaza ibibondo Ismayili na Is-haka. Mu vy'ukuri, Imana yanje Rurema Allah, Irumva igisabisho c'umusavyi;

ٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ ٱلَّذِي وَهَبَ لِي عَلَى ٱلۡكِبَرِ إِسۡمَٰعِيلَ وَإِسۡحَٰقَۚ إِنَّ رَبِّي لَسَمِيعُ ٱلدُّعَآءِ ٣٩

40. Mana yanje Rurema Allah! Ngira umusenzi atsimbataza isengesho rikwije ibisabwa ku mwanya waryo, Ugire no mu ruvyaro rwanje abasenzi baritsimbataza. Mana yanje Rurema Allah! Ndanagusavye Utwakirire isengesho, Unatwumvire ibisabisho;

رَبِّ ٱجۡعَلۡنِي مُقِيمَ ٱلصَّلَوٰةِ وَمِن ذُرِّيَّتِيۚ رَبَّنَا وَتَقَبَّلۡ دُعَآءِ ٤٠

41. Mana yanje Rurema Allah! Ngumiriza akabanga, Umbabarire ibicumuro noba narakoze nka kiremwa-muntu, Wongere Ubabarire n'abavyeyi banje[2] hamwe n'abemeramana bose ku musi ibiremwa vyahagaritswe kugira biharurirwe, biheze bihemberwe ivyo vyakoze".

رَبَّنَا ٱغۡفِرۡ لِي وَلِوَٰلِدَيَّ وَلِلۡمُؤۡمِنِينَ يَوۡمَ يَقُومُ ٱلۡحِسَابُ ٤١

42. Ntumwa y'Imana! Ntukiyumvire ko Imana Allah ku kutihutira guhana abirenganije mu kugarariza no gutoteza abemeramana, Yirengagiza ibikorwa vyabo; ahubwo Irindiriye kubahana ku musi bazoturumbura amaso biturutse ku ntureka zawo;

وَلَا تَحۡسَبَنَّ ٱللَّهَ غَٰفِلًا عَمَّا يَعۡمَلُ ٱلظَّٰلِمُونَۚ إِنَّمَا يُؤَخِّرُهُمۡ لِيَوۡمٖ تَشۡخَصُ فِيهِ ٱلۡأَبۡصَٰرُ ٤٢

43. Igihe bazutse bataraba hasi, bihutira kuja guharurirwa, badakoma n'akagohe, umutima wabavuyemwo kubera ubwoba.

مُهۡطِعِينَ مُقۡنِعِي رُءُوسِهِمۡ لَا يَرۡتَدُّ إِلَيۡهِمۡ طَرۡفُهُمۡۖ وَأَفۡـِٔدَتُهُمۡ هَوَآءٞ ٤٣

44. Ntumwa y'Imana! Gabisha abantu warungitsweko ku bihano vy'umusi w'izuka! Abirenganije mu kugarariza, uwo musi bazovuga batakamba bati: "Mana yacu Rurema Allah! Dutenyenyere akanya na gato, duheze tukwemere twumvire n'Intumwa zawe". Bazokwishurwa n'agashinyaguro n'akantu bati: "Mbega ntimwari mwararahiye mukiri kw'isi ko ubuzima bwo kw'isi butazobaherana, n'uko ata zuka ribaho!;

وَأَنذِرِ ٱلنَّاسَ يَوۡمَ يَأۡتِيهِمُ ٱلۡعَذَابُ فَيَقُولُ ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ رَبَّنَآ أَخِّرۡنَآ إِلَىٰٓ أَجَلٖ قَرِيبٖ نُّجِبۡ دَعۡوَتَكَ وَنَتَّبِعِ ٱلرُّسُلَۗ أَوَلَمۡ تَكُونُوٓاْ أَقۡسَمۡتُم مِّن قَبۡلُ مَا لَكُم مِّن زَوَالٖ ٤٤

45. Muraheza mucumbika mu mazu mwasigiwe n'abirenganije aho hambere yanyu[3], kandi mwaramenye ukuntu Twabahoneje, Twaranabahaye uburorero butomoye muri Qor'ani, ntimwaheza ngo mwikebuke!".

وَسَكَنتُمۡ فِي مَسَٰكِنِ ٱلَّذِينَ ظَلَمُوٓاْ أَنفُسَهُمۡ وَتَبَيَّنَ لَكُمۡ كَيۡفَ فَعَلۡنَا بِهِمۡ وَضَرَبۡنَا لَكُمُ ٱلۡأَمۡثَالَ ٤٥

[1] Imaze kumwumvira, Ikamuronsa ibibondo.
[2] Yasabiye umuvyeyi wiwe imbere yuko amenya ko yamaze kugarariza, akaba umwansi w'Imana Allah.
[3] Nk'abarungikiwe Intumwa Huudi n'Intumwa Swalehe (za nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

وَقَدْ مَكَرُواْ مَكْرَهُمْ وَعِندَ ٱللَّهِ مَكْرُهُمْ وَإِن كَانَ مَكْرُهُمْ لِتَزُولَ مِنْهُ ٱلْجِبَالُ ﴿٤٦﴾

46. Ababangikanyamana barateze umutego wo kwica Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kandi Imana Allah Yari Izi umutego bateze Intumwa yayo, maze Irawutegura; kanatsinda, nya mutego wabo nta n'imisozi wari gusenyura kuko ata co wabashikanyeko.

فَلَا تَحْسَبَنَّ ٱللَّهَ مُخْلِفَ وَعْدِهِۦ رُسُلَهُۥٓ إِنَّ ٱللَّهَ عَزِيزٌ ذُو ٱنتِقَامٍ ﴿٤٧﴾

47. Ntumwa y'Imana! Ntukiyumvire ko Imana Allah Ica kubiri n'isezerano Yahaye Intumwa zayo, ryo kuzishikana ku ntsinzi no guhonya abazihakana. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Izokwihora bikwiye abansi ku musi w'izuka[1];

يَوْمَ تُبَدَّلُ ٱلْأَرْضُ غَيْرَ ٱلْأَرْضِ وَٱلسَّمَٰوَٰتُ وَبَرَزُواْ لِلَّهِ ٱلْوَٰحِدِ ٱلْقَهَّارِ ﴿٤٨﴾

48. Umusi isi izosubirizwa iyindi si yera nk'umwakaka, n'amajuru agasubirizwa ayandi majuru, maze ibiremwa vyose bigasokoroka mu kuzimu bidora, bikarenguka imbere y'Imana Allah, Nyarudende, Nyeninkomezi-ntangere;

وَتَرَى ٱلْمُجْرِمِينَ يَوْمَئِذٍ مُّقَرَّنِينَ فِى ٱلْأَصْفَادِ ﴿٤٩﴾

49. Kuri uwo musi, Uzobona abanyavyaha baboheshejwe iminyororo ku maboko n'amaguru;

سَرَابِيلُهُم مِّن قَطِرَانٍ وَتَغْشَىٰ وُجُوهَهُمُ ٱلنَّارُ ﴿٥٠﴾

50. Inyambaro zabo zizoba zihinguwe mu cuma kirurumba, umuriro na wo ubababure mu maso;

لِيَجْزِىَ ٱللَّهُ كُلَّ نَفْسٍ مَّا كَسَبَتْ إِنَّ ٱللَّهَ سَرِيعُ ٱلْحِسَابِ ﴿٥١﴾

51. Ivyo bizoba ukwo, kugira Imana Allah Ihembere umuntu wese ku vyo yakoze kw'isi, vyaba ivyiza canke ibibi. Mu vy'ukuri Imana Allah, Iranyarutsa mu guharurira ibiremwa.

هَٰذَا بَلَٰغٌ لِّلنَّاسِ وَلِيُنذَرُواْ بِهِۦ وَلِيَعْلَمُوٓاْ أَنَّمَا هُوَ إِلَٰهٌ وَٰحِدٌ وَلِيَذَّكَّرَ أُوْلُواْ ٱلْأَلْبَٰبِ ﴿٥٢﴾

52. Ntumwa y'Imana! Iyi Qor'ani Twakumanuriye rero, ni ubutumwa bwibutsa abantu bose, bubagabisha ku bihano vy'Imana Allah, kugira bamenye mu vy'ukuri ko Imana Allah ari Imwe Rudende Itabangikanywa, no kugira abanyabwenge bibuke, maze bikebuke.

15. Al-Hijr (Abanyahijiri)
Aayah 99, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

الٓرٓ تِلْكَ ءَايَٰتُ ٱلْكِتَٰبِ وَقُرْءَانٍ مُّبِينٍ ﴿١﴾

1. Alif Laam Raa[2]. Izi ni Aayah z'Igitabu, ico Gitabu kikaba ari yo Qor'ani itomoye neza, mu nsiguro, mu ngingo z'ibirekuwe n'ibizira, ikaba inatomoye neza kandi no mu burongozi bwayo.

[1] Iyi Aayah, n'aho itumbereye Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ariko inyigisho irimwo iraba abislamu bose.
[2] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

2. Igihe abagarariji babonye ibigaba mu bislamu bitezuriwe bikava mu muriro wa Jahannamu, bazokwicuza igituma batabaye abislamu.

رُّبَمَا يَوَدُّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لَوۡ كَانُواْ مُسۡلِمِينَ ٢

3. Ntumwa y'Imana! Reka abagarariji barye baryame, bidagadure baryoherwe gato n'ubuzima bw'isi, maze basamazwe no guhurumbira kwegeranya ivy'isi ha kugamburukira Imana Allah; bitebe bitebuke, bazomenya neza iherezo ryabo, ko ari ribi.

ذَرۡهُمۡ يَأۡكُلُواْ وَيَتَمَتَّعُواْ وَيُلۡهِهِمُ ٱلۡأَمَلُۖ فَسَوۡفَ يَعۡلَمُونَ ٣

4. Nibaba rero bakugarariza ku gushaka kwihutira guhanwa, nibamenye ko ata ho Twigeze guhana abanyagacimbiri ngo Tubahonye, kiretse igihe isango ry'ihonywa ryabo rigeze.

وَمَآ أَهۡلَكۡنَا مِن قَرۡيَةٍ إِلَّا وَلَهَا كِتَابٞ مَّعۡلُومٞ ٤

5. Nta mugwi n'umwe rero w'abantu wigeze guhanwa isango ry'ihanwa ryawo ritaragera, eka nta n'uwigeze guhanwa isango ry'ihanwa ryawo ryarenganye.

مَّا تَسۡبِقُ مِنۡ أُمَّةٍ أَجَلَهَا وَمَا يَسۡتَـٔۡخِرُونَ ٥

6. Abagarariji babwiye Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) batebura bati: "Ewe muntu wamanuriwe Qor'ani, wewe mu vy'ukuri warakehewe n'ubwenge;

وَقَالُواْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِي نُزِّلَ عَلَيۡهِ ٱلذِّكۡرُ إِنَّكَ لَمَجۡنُونٞ ٦

7. Ubwo ntiwari gupfuma utumanurira abamalayika bemeza ukuri kwawe niwaba uri mu mvugakuri!".

لَّوۡ مَا تَأۡتِينَا بِٱلۡمَلَٰٓئِكَةِ إِن كُنتَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ٧

8. Imana Allah Yaciye Ibishura Iti: "Burya Twebwe Allah, ntitumanura abamalayika, kiretse mu gihe hageze ihanwa ry'abagarariji vy'ukuri. Muri ico gihe rero, ntitunatenyenya na gato kubahana;

مَا نُنَزِّلُ ٱلۡمَلَٰٓئِكَةَ إِلَّا بِٱلۡحَقِّ وَمَا كَانُوٓاْ إِذٗا مُّنظَرِينَ ٨

9. Mu vy'ukuri ni Twebwe Allah, Twahishuriye Qor'ani Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kandi ni Twebwe nyene Twishinze kuyibungabunga; nta kizokwongerwamwo nta n'ikizokurwamwo, eka ntizogenda amazimayongo".

إِنَّا نَحۡنُ نَزَّلۡنَا ٱلذِّكۡرَ وَإِنَّا لَهُۥ لَحَٰفِظُونَ ٩

10. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, Twararungitse aho hambere yawe Intumwa ku migwi y'abantu itandukanye;

وَلَقَدۡ أَرۡسَلۡنَا مِن قَبۡلِكَ فِي شِيَعِ ٱلۡأَوَّلِينَ ١٠

11. Nta Ntumwa n'imwe muri zo rero yigeze ibashikira, kiretse ko bahora bayiteburako.

وَمَا يَأۡتِيهِم مِّن رَّسُولٍ إِلَّا كَانُواْ بِهِۦ يَسۡتَهۡزِءُونَ ١١

12. Ni nk'uko nyene rero - Twateye ikimangu c'ubugarariji ku mitima yabo kubera itebura ryabo - Dutera ikimangu c'ubugarariji mu mitima y'abanyavyaha bakugarariza;

كَذَٰلِكَ نَسۡلُكُهُۥ فِي قُلُوبِ ٱلۡمُجۡرِمِينَ ١٢

13. Ntibemere Qor'ani wamanuriwe, ni na kwo Imana Allah Yamye Ibigenza mu guhonya imigwi y'abagarariji bo hambere yawe.

لَا يُؤۡمِنُونَ بِهِۦ وَقَدۡ خَلَتۡ سُنَّةُ ٱلۡأَوَّلِينَ ١٣

14. N'iyo Tuza kwugururira abagarariji b'i Makka umuryango ugana mw'ijuru, maze bakawudugiramwo kugira bibonere ukuri kwamye ibitangaro vyacu, ntibari kwemera namba;

وَلَوْ فَتَحْنَا عَلَيْهِم بَابًا مِّنَ ٱلسَّمَآءِ فَظَلُّوا۟ فِيهِ يَعْرُجُونَ ﴿١٤﴾

15. Ni ukuri, bari kuvuga bati: "Mu vy'ukuri twahunitswe, ibi tubona n'amaso si ivy'ukuri na gato, ahubwo mbere twebwe twarozwe".

لَقَالُوٓا۟ إِنَّمَا سُكِّرَتْ أَبْصَٰرُنَا بَلْ نَحْنُ قَوْمٌ مَّسْحُورُونَ ﴿١٥﴾

16. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarashize mw'ijuru riri hafi y'isi inzira-ntasobwa z'inyenyeri, kugira nya nyenyeri zibere abantu ibimenyetso vyo kumenya inzira, umwanya, ibihe vy'agatasi n'ici, Turanaheza Tuzigira ibisharizo bisharije isi ku bitegereza;

وَلَقَدْ جَعَلْنَا فِى ٱلسَّمَآءِ بُرُوجًا وَزَيَّنَّٰهَا لِلنَّٰظِرِينَ ﴿١٦﴾

17. Twaranakingiye ijuru ribegereye ngo ntirivogerwe na shetani yavumwe;

وَحَفِظْنَٰهَا مِن كُلِّ شَيْطَٰنٍ رَّجِيمٍ ﴿١٧﴾

18. Kiretse iyigerageje mu mashetani gusuma urusaku ku nkuru z'ibiremwa vyo mw'ijuru, iyo iraheza igaterwa inyenyeri nyakotsi yakaka, ikayiturira[1].

إِلَّا مَنِ ٱسْتَرَقَ ٱلسَّمْعَ فَأَتْبَعَهُۥ شِهَابٌ مُّبِينٌ ﴿١٨﴾

19. Isi na yo nyene Twarayaguye, Turaheza Tuyiremako imisozi iyishigikiye nk'imambo, Tuyimezako amoko y'ibintu vyose nkenerwa ku rugero rugezwe neza, rutarenga ntirurenguke.

وَٱلْأَرْضَ مَدَدْنَٰهَا وَأَلْقَيْنَا فِيهَا رَوَٰسِىَ وَأَنۢبَتْنَا فِيهَا مِن كُلِّ شَىْءٍ مَّوْزُونٍ ﴿١٩﴾

20. Turanabaremera ivyotuma muba kw'isi mu biterwa n'ibitungwa, n'ibindi. Twarabaremeye n'uruvyaro, abakozi n'ibitwazi mwikorako; ivyo vyose bikaba bibeshejweho n'Imana Allah, mbere si na mwe mujejwe icobibeshaho.

وَجَعَلْنَا لَكُمْ فِيهَا مَعَٰيِشَ وَمَن لَّسْتُمْ لَهُۥ بِرَٰزِقِينَ ﴿٢٠﴾

21. Nta kintu na kimwe nkenerwa rero ku neza y'ibiremwa, kiretse ko ibigega vyaco biri iwacu Twebwe Imana Allah, kandi ntitunaronsa nya biremwa ibibibeshaho, kiretse ku rugero rwagezwe, ruzwi.

وَإِن مِّن شَىْءٍ إِلَّا عِندَنَا خَزَآئِنُهُۥ وَمَا نُنَزِّلُهُۥٓ إِلَّا بِقَدَرٍ مَّعْلُومٍ ﴿٢١﴾

22. Twaranaremye umuyaga Turungika kugira ubangurire ibicu maze imvura ikagwa, ukabangurira n'ibiterwa mu gihe bishuritse, ukongera ugasunika ibicu vy'imvura aho Dushatse ko imvura igwa, gutyo Tugatuma nya mvura ivuye muri nya bicu igwa, Tukabanywesha kuri nya mazi y'imvura, mukanavomera n'indimo zanyu mukananywesha n'ibitungwa vyanyu. Iyo mvura rero, ntimushoboye namba gutuma igwa ku gihe mushakiye.

وَأَرْسَلْنَا ٱلرِّيَٰحَ لَوَٰقِحَ فَأَنزَلْنَا مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَأَسْقَيْنَٰكُمُوهُ وَمَآ أَنتُمْ لَهُۥ بِخَٰزِنِينَ ﴿٢٢﴾

23. Mu vy'ukuri, ni Twebwe Allah Dushoboye gusubiza ubuzima ikiremwa mu gihe gipfuye, ni na Twebwe nyene Dushoboye kwaka ubuzima ikiremwa mu gihe isango ryo gupfa rigeze, ni na Twebwe Samuragwa w'isi n'ibiri kuri yo.

وَإِنَّا لَنَحْنُ نُحْىِۦ وَنُمِيتُ وَنَحْنُ ٱلْوَٰرِثُونَ ﴿٢٣﴾

[1] Hari igihe bishika ko shetani isuma urusaku ku nkuru z'ibibera mw'ijuru, ikanarungikira indongozi yayo zimwe muri nya nkuru imbere yuko iterwa inyenyeri nyakotsi, ikayiturira.

24. Ni ukuri, Turazi neza na neza abamaze gupfa muri mwebwe kuva kuri Adamu, Turazi neza na neza n'abakiri bazima gushika ku musi w'iherezo ry'ibiremwa.

وَلَقَدْ عَلِمْنَا ٱلْمُسْتَقْدِمِينَ مِنكُمْ وَلَقَدْ عَلِمْنَا ٱلْمُسْتَـْٔخِرِينَ ﴿٢٤﴾

25. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Izokwegeraniriza hamwe ibiremwa vyose kugira Ibiharurire, Yongere Inabihembe. Mu vy'ukuri, ni Yo Ntungane mu vyo Ikora; Nyenubumenyikurivyose.

وَإِنَّ رَبَّكَ هُوَ يَحْشُرُهُمْ ۚ إِنَّهُۥ حَكِيمٌ عَلِيمٌ ﴿٢٥﴾

26. Ni ukuri, Twaremye Adamu mw'ivu ryumye rikumagana nk'ikinonko, ryahindutse ibara rikirabura, rigahindura n'akamoto.

وَلَقَدْ خَلَقْنَا ٱلْإِنسَـٰنَ مِن صَلْصَـٰلٍ مِّنْ حَمَإٍ مَّسْنُونٍ ﴿٢٦﴾

27. Na Ibilisi[1] ikaba ari na yo nkomoko y'amajini, Twayiremye mu rubeya rw'umuriro rutagira umwotsi, hari imbere y'irema rya Adamu;

وَٱلْجَآنَّ خَلَقْنَـٰهُ مِن قَبْلُ مِن نَّارِ ٱلسَّمُومِ ﴿٢٧﴾

28. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Imana yawe Rurema Allah Yabwiriza abamalayika hamwe na Ibilisi Iti: "Jewe mu vy'ukuri, Ngira Ndeme umuntu mw'ivu ryumye rikumagana nk'ikinonko, ryahindutse ibara rikirabura, rigahinduka n'akamoto;

وَإِذْ قَالَ رَبُّكَ لِلْمَلَـٰٓئِكَةِ إِنِّى خَـٰلِقٌۢ بَشَرًا مِّن صَلْصَـٰلٍ مِّنْ حَمَإٍ مَّسْنُونٍ ﴿٢٨﴾

29. Ninamara kumurema Nkatunganya indemo, Nkamuhuhiramwo inkomoko y'ubuzima "Roho", muraheza muce mumwubamira, mumuhe icubahiro kimukwiye".

فَإِذَا سَوَّيْتُهُۥ وَنَفَخْتُ فِيهِ مِن رُّوحِى فَقَعُوا۟ لَهُۥ سَـٰجِدِينَ ﴿٢٩﴾

30. Abamalayika bose rero, baciye bubahiriza iryo bwirizwa baramwubamira, bamuha icubahiro kimukwiye;

فَسَجَدَ ٱلْمَلَـٰٓئِكَةُ كُلُّهُمْ أَجْمَعُونَ ﴿٣٠﴾

31. Ariko Ibilisi yaranse kwubamira Adamu ari kumwe n'abamalayika bamwubamiye.

إِلَّآ إِبْلِيسَ أَبَىٰٓ أَن يَكُونَ مَعَ ٱلسَّـٰجِدِينَ ﴿٣١﴾

32. Imana Allah Yarabajije Ibilisi Iti: "Wafashwe n'igiki catumye utubama hamwe n'abamalayika?".

قَالَ يَـٰٓإِبْلِيسُ مَا لَكَ أَلَّا تَكُونَ مَعَ ٱلسَّـٰجِدِينَ ﴿٣٢﴾

33. Ibilisi yarireguye ku Mana Allah n'ubwishime n'akantu ati: "Sinshobora kwubamira umuntu Waremye mw'ivu ryumye rikumagana nk'ikinonko, ryahinduye ibara rikirabura, rigahindura n'akamoto".

قَالَ لَمْ أَكُن لِّأَسْجُدَ لِبَشَرٍ خَلَقْتَهُۥ مِن صَلْصَـٰلٍ مِّنْ حَمَإٍ مَّسْنُونٍ ﴿٣٣﴾

34. Imana Allah Ica Ibwira Ibilisi Iti: "Kuri iyo mvo rero, va mu Bwami bw'ijuru kuko wewe mu vy'ukuri uri ikivume;

قَالَ فَٱخْرُجْ مِنْهَا فَإِنَّكَ رَجِيمٌ ﴿٣٤﴾

35. Kandi mu vy'ukuri, ivumwe rizokwagira gushika ku musi w'impera y'ibiremwa igihe vyazutse".

وَإِنَّ عَلَيْكَ ٱللَّعْنَةَ إِلَىٰ يَوْمِ ٱلدِّينِ ﴿٣٥﴾

36. Ibilisi araheza aca avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye rero kuramba gushika ku musi w'izuka ry'ibiremwa[2]".

قَالَ رَبِّ فَأَنظِرْنِىٓ إِلَىٰ يَوْمِ يُبْعَثُونَ ﴿٣٦﴾

37. Imana Allah Yishuye Ibilisi Iti: "Wewe mu vy'ukuri, uri mu bazoramba;

قَالَ فَإِنَّكَ مِنَ ٱلْمُنظَرِينَ ﴿٣٧﴾

[2] Ibilisi, ni izina ry'ikiremwa ca mbere mu Majini, kiba ari na co cahavuye kiba inkomoko y'amajini. Mu Majini rero, harimwo abemeramana hakabamwo n'abagarariji (amashetani).
[2] Igihe ibiremwa vyose vyahonye ku musi w'umuhero w'isi, sinzobe ndimwo.

38. Gushika ku musi w'umuhero w'isi[1], si ku musi w'izuka ry'ibiremwa".

إِلَىٰ يَوۡمِ ٱلۡوَقۡتِ ٱلۡمَعۡلُومِ ٣٨

39. Ibilisi araheza avuga n'agahigihigi ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ku kubera ukuntu Wampubishije, ni ukuri nzoryohereza uruvyaro rwa Adamu gukora ivyaha kw'isi; kandi ni ukuri, nzokwita ku rutare ndabahubishe bose inzira yawe;

قَالَ رَبِّ بِمَآ أَغۡوَيۡتَنِي لَأُزَيِّنَنَّ لَهُمۡ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَلَأُغۡوِيَنَّهُمۡ أَجۡمَعِينَ ٣٩

40. Kiretse abaja bawe Warongoye muri nya ruvyaro, bagaheza bakagutumbera mu vyo bakora vyose".

إِلَّا عِبَادَكَ مِنۡهُمُ ٱلۡمُخۡلَصِينَ ٤٠

41. Imana Allah Isubizayo Iti: "Ng'iyi rero inzira igana kuri Jewe, igororotse;

قَالَ هَٰذَا صِرَٰطٌ عَلَيَّ مُسۡتَقِيمٌ ٤١

42. Mu vy'ukuri abaja banje, bazontumbera mu vyo bakora vyose, nta bubasha namba uzoba ubafiseko mu kubahubisha inzira yanje; ariko uzogira ububasha bwo gutera inyoshambi abazogukurikira mu bahuvye, bakirengagiza inzira yanje;

إِنَّ عِبَادِي لَيۡسَ لَكَ عَلَيۡهِمۡ سُلۡطَٰنٌ إِلَّا مَنِ ٱتَّبَعَكَ مِنَ ٱلۡغَاوِينَ ٤٢

43. Mu vy'ukuri mu muriro wa Jahannamu, ni ryo sango ry'ihuriro rya Ibilisi n'abazomukurikira bose;

وَإِنَّ جَهَنَّمَ لَمَوۡعِدُهُمۡ أَجۡمَعِينَ ٤٣

44. Uwo muriro rero, ufise imiryango indwi igerekeranye gushika mu nyenga zawo. Umuryango umwe wose muri yo, wagenewe umugwi kanaka mu bakurikiye Ibilisi, hisunzwe uburemere bw'ivyaha vyawo".

لَهَا سَبۡعَةُ أَبۡوَٰبٖ لِّكُلِّ بَابٖ مِّنۡهُمۡ جُزۡءٞ مَّقۡسُومٌ ٤٤

45. Mu vy'ukuri abagamburukiramana, bazoba bari mu mirima itotahaye, ikikijwe n'inzuzi zitemba mu Bwami bw'ijuru;

إِنَّ ٱلۡمُتَّقِينَ فِي جَنَّٰتٖ وَعُيُونٍ ٤٥

46. Bazobwirwa bati: "Nimwinjire mu Bwami bw'ijuru mw'iteka n'itekane";

ٱدۡخُلُوهَا بِسَلَٰمٍ ءَامِنِينَ ٤٦

47. Tuzoheza rero Tweze imishaha yabo, ntizogira inzigo n'urwanko namba, bazoba muri nya Bwami bw'ijuru ari abavandimwe bakundana, bicaye barabana ku bitanda vy'inyegamo vy'iteka;

وَنَزَعۡنَا مَا فِي صُدُورِهِم مِّنۡ غِلٍّ إِخۡوَٰنًا عَلَىٰ سُرُرٖ مُّتَقَٰبِلِينَ ٤٧

48. Muri nya Bwami bw'ijuru rero, ntibazoruha ngo bagire ubute, eka ntibazonigera babukurwamwo.

لَا يَمَسُّهُمۡ فِيهَا نَصَبٞ وَمَا هُم مِّنۡهَا بِمُخۡرَجِينَ ٤٨

49. Ntumwa y'Imana! Iganira abaja banje ko mu vy'ukuri, ari Jewe Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni banje;

نَبِّئۡ عِبَادِيٓ أَنِّيٓ أَنَا ٱلۡغَفُورُ ٱلرَّحِيمُ ٤٩

50. N'uko mu vy'ukuri, ibihano vyanje ari vyo bihano bibabaza.

وَأَنَّ عَذَابِي هُوَ ٱلۡعَذَابُ ٱلۡأَلِيمُ ٥٠

51. Biganire kandi inkuru y'abashitsi mu bamalayika bigeze kugendera Ibrahimu, bakaza mw'ishusho ry'abantu;

وَنَبِّئۡهُمۡ عَن ضَيۡفِ إِبۡرَٰهِيمَ ٥١

[1] Igihe havugijwe inzamba yo guhonya ibiremwa vyose, na wewe nyene uzoba urimwo.

إِذْ دَخَلُواْ عَلَيْهِ فَقَالُواْ سَلَٰمًا قَالَ إِنَّا مِنكُمْ وَجِلُونَ ﴿٥٢﴾

52. Igihe binjira kwa Ibrahimu bagaca bamuramutsa bati: “Nimugire amahoro”, maze na we akabishura ati: “Nimusangwe ayandi”, araheza arabazimana baranka gufungura, aca ababwira ati: “Mu vy’ukuri, muraduteye impungenge!”;

قَالُواْ لَا تَوْجَلْ إِنَّا نُبَشِّرُكَ بِغُلَٰمٍ عَلِيمٍ ﴿٥٣﴾

53. Ba bashitsi bahumuriza Ibrahimu bati: “Ntugire impungenge na gato, mu vy’ukuri, twaje kuguhumuriza mu kugushikiriza agakuru keza ko uzokwibaruka umwana w’incabwenge mw’idini yitwa Is-haka”.

قَالَ أَبَشَّرْتُمُونِي عَلَىٰٓ أَن مَّسَّنِيَ ٱلْكِبَرُ فَبِمَ تُبَشِّرُونَ ﴿٥٤﴾

54. Ibrahimu aca aritangaza ati: “Mbega yemwe mumpumuriza mu kunshikiriza agakuru keza ko nzokwibaruka, kandi naramaze gusaza jewe n’umukenyezi wanje. Igitangaro kiri aho!”.

قَالُواْ بَشَّرْنَٰكَ بِٱلْحَقِّ فَلَا تَكُن مِّنَ ٱلْقَٰنِطِينَ ﴿٥٥﴾

55. Ba bashitsi mu bamalayika bamwishura bati: “Burya tugushikirije agakuru keza! Iyi ni inkuru y’ukuri ivuye ku Mana yawe Allah, ntukabe rero mu bihebura ko batokwibaruka mu busaza”.

قَالَ وَمَن يَقْنَطُ مِن رَّحْمَةِ رَبِّهِۦٓ إِلَّا ٱلضَّآلُّونَ ﴿٥٦﴾

56. Ibrahimu aca abishura ati: “Mbega ni nde yokwihebura ku mpuhwe z’Imana yiwe Rurema Allah, kiretse abahuvye inzira yayo!”.

قَالَ فَمَا خَطْبُكُمْ أَيُّهَا ٱلْمُرْسَلُونَ ﴿٥٧﴾

57. Ni ho rero Ibrahimu yaca ababaza ati: “None ga Ntumwa z’abamalayika! Mugenzwa n’amaki?”.

قَالُوٓاْ إِنَّآ أُرْسِلْنَآ إِلَىٰ قَوْمٍ مُّجْرِمِينَ ﴿٥٨﴾

58. Za Ntumwa z’abamalayika ziramwishura ziti: “Twebwe mu vy’ukuri, twarungitswe n’Imana Allah kuja guhonya abantu ba Luutwi, b’abanyavyaha;

إِلَّآ ءَالَ لُوطٍ إِنَّا لَمُنَجُّوهُمْ أَجْمَعِينَ ﴿٥٩﴾

59. Kiretse umuryango wa Luutwi n’abamwemeye, abo dutegerezwa kubarokora bose mu bihano;

إِلَّا ٱمْرَأَتَهُۥ قَدَّرْنَآ إِنَّهَا لَمِنَ ٱلْغَٰبِرِينَ ﴿٦٠﴾

60. Havuyemwo umugore wa Luutwi kuko yaramaze guhakana. Ivyagezwe kuri we, ni uko na we nyene ari mu bahanwa”.

فَلَمَّا جَآءَ ءَالَ لُوطٍ ٱلْمُرْسَلُونَ ﴿٦١﴾

61. Igihe izo ntumwa z’abamalayika zishika ku muryango wa Luutwi;

قَالَ إِنَّكُمْ قَوْمٌ مُّنكَرُونَ ﴿٦٢﴾

62. Luutwi yazibwiye ati: “Mu vy’ukuri, sinamenye abo muri”.

قَالُواْ بَلْ جِئْنَٰكَ بِمَا كَانُواْ فِيهِ يَمْتَرُونَ ﴿٦٣﴾

63. Za ntumwa ziramutururuza ziti: “Ntugire ubwoba namba, ahubwo twaje gushira mu ngiro ibihano ku bantu bawe bahora bahakana ko vyobashikira;

وَأَتَيْنَٰكَ بِٱلْحَقِّ وَإِنَّا لَصَٰدِقُونَ ﴿٦٤﴾

64. Twaje rero vy’ukuri iwawe, turungitswe n’Imana Allah. Kandi ni ukuri, ivyo tukwiganiye ni ivy’ukuri;

فَأَسْرِ بِأَهْلِكَ بِقِطْعٍ مِّنَ ٱلَّيْلِ وَٱتَّبِعْ أَدْبَٰرَهُمْ وَلَا يَلْتَفِتْ مِنكُمْ أَحَدٌ وَٱمْضُواْ حَيْثُ تُؤْمَرُونَ ﴿٦٥﴾

65. Kubera ivyo rero muri iri joro, urimuka wewe n’umuryango wawe hamwe n’abemeramana, maze ugende mu nyuma zabo kugira ntihagire n’umwe muri bo asigara, kandi ntihagire n’umwe muri mwebwe ahindukira

ngo arabe inyuma, muheze mugende munyaragasa gushika aho mutegetswe kuba muri mu mahoro”.

66. Twebwe Allah Turaheza Duhishurira Luutwi rero ko ihonywa ry’abantu biwe yarungitsweko, riba mu mutwenzi.

وَقَضَيْنَآ إِلَيْهِ ذَٰلِكَ ٱلْأَمْرَ أَنَّ دَابِرَ هَٰٓؤُلَآءِ مَقْطُوعٌ مُّصْبِحِينَ ﴿٦٦﴾

67. Abantu bo mu gisagara ca Luutwi, aho bumviye ko kwa Luutwi haje abashitsi, baraje banezerewe ko baronse abagabo bipfuza ha kwipfuza abagore.

وَجَآءَ أَهْلُ ٱلْمَدِينَةِ يَسْتَبْشِرُونَ ﴿٦٧﴾

68. Luutwi, ni ho yamama akavuga ati: “Ni ukuri, aba ni abashitsi banje, ndabinginze ntimumaramaze imbere y’abashitsi banje;

قَالَ إِنَّ هَٰٓؤُلَآءِ ضَيْفِى فَلَا تَفْضَحُونِ ﴿٦٨﴾

69. Nimutinye ibihano vy’Imana Allah, reka ntimuntetereze mu gushira isoni ku bashitsi banje”.

وَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَلَا تُخْزُونِ ﴿٦٩﴾

70. Ba bantu baraheza babwira Luutwi bamushinyaguriza bati: “Ntitwakubujije kwakira abantu b’ingenz i[1]”.

قَالُوٓا۟ أَوَلَمْ نَنْهَكَ عَنِ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٧٠﴾

71. Luutwi aca arabiyama ababwira ati: “Ng’aba abakobwa banje[2] ndababashingiye nimwaba mushaka kwabira ha kwipfuza abagabo!

قَالَ هَٰٓؤُلَآءِ بَنَاتِىٓ إِن كُنتُمْ فَٰعِلِينَ ﴿٧١﴾

72. Ntumwa y’Imana! Ndarahiye ku cubahiro c’ubuzima bwawe[3] ko abantu barungikiwe Luutwi, bari baragoswe bakaguma bajuragirika;

لَعَمْرُكَ إِنَّهُمْ لَفِى سَكْرَتِهِمْ يَعْمَهُونَ ﴿٧٢﴾

73. Gushika n’aho bahitanwa mu bucagucagu n’ibihano bihonya.

فَأَخَذَتْهُمُ ٱلصَّيْحَةُ مُشْرِقِينَ ﴿٧٣﴾

74. Ni ho rero Twebwe Allah, Twabubikako isi y’aho baba, hejuru haja mu kuzimu, Duca Tuhacucagira amabuye ahiye y’urutavanako.

فَجَعَلْنَا عَٰلِيَهَا سَافِلَهَا وَأَمْطَرْنَا عَلَيْهِمْ حِجَارَةً مِّن سِجِّيلٍ ﴿٧٤﴾

75. Ni ukuri muri iryo hona ryabo, harimwo ivyemezo vyotuma abantu biyumvira bakikebuka;

إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّلْمُتَوَسِّمِينَ ﴿٧٥﴾

76. Mu vy’ukuri, igisagara cabo kiri ku nzira irengana kuri bose, abahaca barashobora kubona nya gisagara.

وَإِنَّهَا لَبِسَبِيلٍ مُّقِيمٍ ﴿٧٦﴾

77. Ni ukuri muri iryo hona ryabo, harimwo ivyemezo bigaragaza ubushobozi n'ububasha vy’Imana Allah ku bemeramana bubahiriza amabwirizwa yayo.

إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَةً لِّلْمُؤْمِنِينَ ﴿٧٧﴾

78. Ni ukuri, abantu bo mu gisagara c’ibiti bitotahaye, barirenganije mu kugarariza Imana Allah n’Intumwa yayo Shu’ayibu;

وَإِن كَانَ أَصْحَٰبُ ٱلْأَيْكَةِ لَظَٰلِمِينَ ﴿٧٨﴾

79. Duca Turabibahora mu kubahanisha nyamugigima. Kukaba nkako, burya ibisagara vy’abantu barungikiwe Luutwi n’abarungikiwe Shu’ayibu, vyompi biri ku nzira

فَٱنتَقَمْنَا مِنْهُمْ وَإِنَّهُمَا لَبِإِمَامٍ مُّبِينٍ ﴿٧٩﴾

[1] Abo bantu, bari barihanije Luutwi ko atokwakira abantu b’ingenzi kuko bahora bategera ingenzi bakazifata ku nguvu.

[2] Muri iyi Aayah abagore, Imana Allah Yabise abakobwa ba Luutwi kuko Intumwa yarungitswe ku bantu, ifatwa nka se wabo.

[3] Imana Allah Irarahira ku kintu ico ari co cose Ishatse, mu ntumbero yo kwerekana icubahiro ca nya kintu. Nayo umuntu, ntarekuriwe kurahira ku kintu na kimwe mu biremwa, arahira gusa kw’izina ry’Imana Allah.

y’aho abantu baca, boheza bakahatorera icigwa bakikebuka.

80. Ni ukuri Abanyahijiri[1], baragararije Intumwa zose[2] mu kugarariza Intumwa Swalehe (nyakugira amahoro y’Imana Allah).

وَلَقَدْ كَذَّبَ أَصْحَٰبُ ٱلْحِجْرِ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿٨٠﴾

81. Twabarungikiye ivyemezo[3] vyerekana ukuri kw’Intumwa Swalehe (nyakugira amahoro y’Imana Allah), maze baravyirengagiza.

وَءَاتَيْنَٰهُمْ ءَايَٰتِنَا فَكَانُوا۟ عَنْهَا مُعْرِضِينَ ﴿٨١﴾

82. Abanyahijiri bahora babaza inzu babamwo mu misozi, batekaniwe ko nya nzu zitobasenyukirako.

وَكَانُوا۟ يَنْحِتُونَ مِنَ ٱلْجِبَالِ بُيُوتًا ءَامِنِينَ ﴿٨٢﴾

83. Ni ho bahitanwa mu mutwenzi n’ibihano bihonya;

فَأَخَذَتْهُمُ ٱلصَّيْحَةُ مُصْبِحِينَ ﴿٨٣﴾

84. Amatungo n’inkomezi hamwe n’inyubakwa vyabo, ntivyabakingiye guhitanwa n’ibihano bihonya vy’Imana Allah.

فَمَآ أَغْنَىٰ عَنْهُم مَّا كَانُوا۟ يَكْسِبُونَ ﴿٨٤﴾

85. Twebwe Allah, ntitwaremye amajuru n’isi hamwe n’ibiri hagati yavyo, kiretse ko Twabiremye mu kuri, kugira mumenye ko hariho Imana Rurema Allah, muheze muyisenge ari Imwe Rudende. Ni ukuri, igihe c’umuhero w’isi vuba bwango kirashika, kugira umuntu wese ahemberwe ivyo yakoze. Ntumwa y’Imana! Kubera ivyo rero, birabishe amaso wirengagize ibangamira ry’ababangikanyamana, ukwirengagiza kuzira umwidogo.

وَمَا خَلَقْنَا ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ وَمَا بَيْنَهُمَآ إِلَّا بِٱلْحَقِّ ۗ وَإِنَّ ٱلسَّاعَةَ لَءَاتِيَةٌ ۖ فَٱصْفَحِ ٱلصَّفْحَ ٱلْجَمِيلَ ﴿٨٥﴾

86. Mu vy’ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Nyenukurema Yaremye ikintu ico ari co cose, Nyenubumenyikurivyose.

إِنَّ رَبَّكَ هُوَ ٱلْخَلَّٰقُ ٱلْعَلِيمُ ﴿٨٦﴾

87. Muvugishwamana! Ni ukuri, Twaraguhaye igisomwa c’intango “Al-Faatiha”, kigizwe na Aayah indwi zisomwa mu cunamo c’isengesho iryo ari ryo ryose, Twaranaguhaye Qor’ani ntagatifu.

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَٰكَ سَبْعًا مِّنَ ٱلْمَثَانِى وَٱلْقُرْءَانَ ٱلْعَظِيمَ ﴿٨٧﴾

88. Ntumwa y’Imana! Ntukarabe wipfuza ivyo Twahaye bamwe mu bagarariji mu bihendamaso vy’isi; kandi ntugatuntuzwe n’igarariza ryabo, uraheza gusa wicishe bugufi ku bemeramana;

لَا تَمُدَّنَّ عَيْنَيْكَ إِلَىٰ مَا مَتَّعْنَا بِهِۦٓ أَزْوَٰجًا مِّنْهُمْ وَلَا تَحْزَنْ عَلَيْهِمْ وَٱخْفِضْ جَنَاحَكَ لِلْمُؤْمِنِينَ ﴿٨٨﴾

89. Unavuge uti: “Mu vy’ukuri jewe, ndi Umugabisha atomoye ku bihano vy’Imana Allah, ko vyobashikira mu gihe mwogarariza;

وَقُلْ إِنِّىٓ أَنَا ٱلنَّذِيرُ ٱلْمُبِينُ ﴿٨٩﴾

[1] Ni abantu bo mu bwoko bwa Thamuudi, baba mu kabande kitwa Hijiri, ako kabande kari mu buraruko bushira uburengero bwa Saudiya.
[2] Ukugarariza Intumwa imwe ni nk’ukugarariza Intumwa zose kuko idini ryazo ni rimwe, zarungitswe n’Imana Imwe.
[3] Muri ivyo bimenyetso, harimwo ingamiya Imana Allah Yabaremeye mw’ibuye.

كَمَآ أَنزَلۡنَا عَلَى ٱلۡمُقۡتَسِمِينَ ٩٠

90. Imana Allah Irabagabisha ku bihano Iti: “Nk’uko Twebwe Allah Twamanuriye ibihano abaciyemwo Qor’ani imice, bakemera bimwe bagahakana ibindi[1], ni ko Tuzohana n’abandi”;

ٱلَّذِينَ جَعَلُواْ ٱلۡقُرۡءَانَ عِضِينَ ٩١

91. Abafashe Qor’ani bakayicamwo imice kugira ngo baburagize abantu kuyemera, mu kuvuga ko ari uburozi bwigendera, abandi na bo ngo ni amangetengete".

فَوَرَبِّكَ لَنَسۡـَٔلَنَّهُمۡ أَجۡمَعِينَ ٩٢

92. Kubera ivyo vyose rero, Jewe Allah Ndarahiye kw’izina ry’Imana yawe Rurema, ko Twebwe Allah Tuzobaharurira ku musi w’izuka, Duheze Tubahembe bose;

عَمَّا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ٩٣

93. Tubahembere ivyo bakoze kw’isi mu gucamwo Qor’ani imice, hamwe n’ibindi vyaha bakoze mu gusenga ibintazi.

فَٱصۡدَعۡ بِمَا تُؤۡمَرُ وَأَعۡرِضۡ عَنِ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ٩٤

94. Ntumwa y'Imana! Rarikira rero abantu ku mugaragaro, ko bokurikira ukuri wategetswe n’Imana Allah, maze ubarabishe amaso wirengagize ibangamira ry’ababangikanyamana;

إِنَّا كَفَيۡنَٰكَ ٱلۡمُسۡتَهۡزِءِينَ ٩٥

95. Mu vy’ukuri Twebwe Allah, Twaramaze kugukingira ibangamira ry’abatebura kuri Qor’ani;

ٱلَّذِينَ يَجۡعَلُونَ مَعَ ٱللَّهِ إِلَٰهًا ءَاخَرَۚ فَسَوۡفَ يَعۡلَمُونَ ٩٦

96. Ababangikanya Imana Allah mu gusenga ibigirwamana, bitebe bitebuke bazomenya iherezo ribi ry’ivyo bakoze.

وَلَقَدۡ نَعۡلَمُ أَنَّكَ يَضِيقُ صَدۡرُكَ بِمَا يَقُولُونَ ٩٧

97. Ntumwa y’Imana! Ni ukuri, Turazi neza ko utuntujwe n’ivyo bavuga mu kukurwanya.

فَسَبِّحۡ بِحَمۡدِ رَبِّكَ وَكُن مِّنَ ٱلسَّٰجِدِينَ ٩٨

98. Ku kugira uremururire umushaha rero, ninahaza Imana yawe Rurema Allah mu kuyishimagiza, wongere ube mu bayubamira mu gusenga;

وَٱعۡبُدۡ رَبَّكَ حَتَّىٰ يَأۡتِيَكَ ٱلۡيَقِينُ ٩٩

99. Uheze ushishikare kwiyegereza Imana yawe Rurema Allah mu vyo ukora vyose, unayisenga ubuzima bwawe bwose, gushika umusi wawe wo gupfa.

16. An-Nahl (Inzuki)
Aayah 128, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw’izina ry’Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

أَتَىٰٓ أَمۡرُ ٱللَّهِ فَلَا تَسۡتَعۡجِلُوهُۚ سُبۡحَٰنَهُۥ وَتَعَٰلَىٰ عَمَّا يُشۡرِكُونَ ١

1. Bagarariji! Umuhero w’isi vuba bwango urashika nta gisivya, kugira muhanirwe ivyo mwakoze, ntimurinde kwihuta mu gutebura musaba ko mwohanwa. Nihaninahazwe Imana Allah Yongere Ihabwe n’icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayibangikanya.

[1] Mu bayahudi, abanaswara n’ababangikanyamana mu Bakorayishi.

2. Imana Allah, Imanura abamalayika kw'itegeko ryayo, baje guhishurira uwo Ishatse mu baja bayo mu Ntumwa, maze bagahishurira nya Ntumwa bati: "Nimugabishe abantu ku bihano vyanje Jewe Allah mu gihe bombangikanya, kuko nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri, atari Jewe Allah. Kubera ivyo rero, nimungamburukire mu kwubahiriza amabwirizwa yanje".

يُنَزِّلُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةَ بِٱلرُّوحِ مِنْ أَمْرِهِۦ عَلَىٰ مَن يَشَآءُ مِنْ عِبَادِهِۦٓ أَنْ أَنذِرُوٓاْ أَنَّهُۥ لَآ إِلَٰهَ إِلَّآ أَنَا۠ فَٱتَّقُونِ ۝٢

3. Imana Allah Yaremye amajuru n'isi mu kuri, kugira mumenye ko hariho Imana Rurema Allah, muheze muyisenge ari Imwe Rudende, Imana Allah nihabwe icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayibangikanya.

خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ بِٱلْحَقِّ ۚ تَعَٰلَىٰ عَمَّا يُشْرِكُونَ ۝٣

4. Yaremye umuntu mw'ima ry'intanga zigayitse; amaze gukura acika umwansi ruhebwa, maze aragarariza yivuye inyuma mu guhakana ko ata zuka ry'ibiremwa ribaho;

خَلَقَ ٱلْإِنسَٰنَ مِن نُّطْفَةٍ فَإِذَا هُوَ خَصِيمٌ مُّبِينٌ ۝٤

5. N'ibitungwa[1] Yabiremeye mwebwe abantu, Iraheza Ibaha gususurutswa n'ubwoya bwavyo, Ibaha no kwikora ku mata n'insato zavyo, Ibashoboza no kwiyunguruza kuri nya bitungwa; muri vyo harimwo n'ivyo mufungura;

وَٱلْأَنْعَٰمَ خَلَقَهَا ۗ لَكُمْ فِيهَا دِفْءٌ وَمَنَٰفِعُ وَمِنْهَا تَأْكُلُونَ ۝٥

6. Harimwo no kuberwa kuri mwebwe gutuma mugira akamwemwe, igihe mubicuye ku mugoroba n'igihe mubiturukije mu gitondo;

وَلَكُمْ فِيهَا جَمَالٌ حِينَ تُرِيحُونَ وَحِينَ تَسْرَحُونَ ۝٦

7. Biranabungururiza imizigo yanyu bikayishikana mu gihugu ca kure, mutoshoboye kubishikanayo mutabanje kuruha, mugacumukura. Mu vy'ukuri Imana yanyu Rurema Allah, ni Nyenikigongwe mu kubatunganiriza ivyankenerwa mu buzima, Nyenimbabazi ku batoni bayo;

وَتَحْمِلُ أَثْقَالَكُمْ إِلَىٰ بَلَدٍ لَّمْ تَكُونُواْ بَٰلِغِيهِ إِلَّا بِشِقِّ ٱلْأَنفُسِ ۚ إِنَّ رَبَّكُمْ لَرَءُوفٌ رَّحِيمٌ ۝٧

8. Yabaremeye n'ifarasi n'ibivyarwa n'ifarasi hamwe n'indogobwe, Ibaremera n'indogobwe nyene kugira muvyikoreko mu kwiyunguruza no mu gushaza mukaberwa mu gihe muri kuri vyo; Iranabaremera n'ibindi mutazi mwokwikorako mu kwiyunguruza, kugira muyemere muyishimire;

وَٱلْخَيْلَ وَٱلْبِغَالَ وَٱلْحَمِيرَ لِتَرْكَبُوهَا وَزِينَةً ۚ وَيَخْلُقُ مَا لَا تَعْلَمُونَ ۝٨

9. Imana Allah Ijejwe kubatomorera inzira yayo y'ubwislamu igororotse. Hambavu y'ivyo, hari n'izindi nzira ziciye kubiri n'ubwislamu, zihubisha[2]. Iyo rero Imana Allah Ibishaka, Yari kubarongora mwese mu nzira yayo;

وَعَلَى ٱللَّهِ قَصْدُ ٱلسَّبِيلِ وَمِنْهَا جَآئِرٌ ۚ وَلَوْ شَآءَ لَهَدَىٰكُمْ أَجْمَعِينَ ۝٩

10. Ni Yo Yatumye hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, Iraheza Ibaronsa n'amazi mwikorako mu kunywa no mu kuvomera ibiti n'ubwatsi mwahirira ibitungwa vyanyu, mugaheza mukavyikorako mu buzima bwa misi yose;

هُوَ ٱلَّذِىٓ أَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً لَّكُم مِّنْهُ شَرَابٌ وَمِنْهُ شَجَرٌ فِيهِ تُسِيمُونَ ۝١٠

[1] Ingamiya, inka n'intungwa.
[2] Inzira zihubisha, ni inzira y'idini canke iciyumviro giciye kubiri n'ubwislamu.

11. Hakoreshejwe nya mazi y'imvura nyene, Imana Allah Iraheza Ikabamereshereza n'ibiterwa bitandukanye, imizayituni, itende n'imizabibu; hamwe rero n'ivyamwa n'imboga vy'ubwoko bwose. Muri iryo meresha ry'ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo icemezo kigaragara cotuma abantu biyumvira, bikebuka bagatahura ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah.

يُنۢبِتُ لَكُم بِهِ ٱلزَّرۡعَ وَٱلزَّيۡتُونَ وَٱلنَّخِيلَ وَٱلۡأَعۡنَٰبَ وَمِن كُلِّ ٱلثَّمَرَٰتِۗ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗ لِّقَوۡمٖ يَتَفَكَّرُونَ ١١

12. Yaranabagiriye ijoro riba umwanya mwiza wo kuruhuka; umurango na wo uba umwanya mwiza wo kurondera icorirenza; Ibaremera n'izuba kugira ribamurikire ku murango, mwongere murimenyereko umwanya n'imisi; Ibaremera n'ukwezi kugira kubahe umuco mw'ijoro, mwongere mukumenyereko ibihe vy'agatasi n'ici, hamwe n'imyaka, n'ibindi. Inyenyeri zimanye mu kirere, na zo zaremwe kw'itegeko ryayo, kugira muzimenyereko ubutumbero bw'ahantu mw'ijoro ry'umuzimagiza, n'ibindi. Mw'irema ry'ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo bigaragara vyotuma abantu b'ababanyabwenge banyurwa bakagamburukira Imana Allah.

وَسَخَّرَ لَكُمُ ٱلَّيۡلَ وَٱلنَّهَارَ وَٱلشَّمۡسَ وَٱلۡقَمَرَۖ وَٱلنُّجُومُ مُسَخَّرَٰتُۢ بِأَمۡرِهِۦٓۗ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَٰتٖ لِّقَوۡمٖ يَعۡقِلُونَ ١٢

13. Yaranabaremeye mw'isi ibinyabuzima bigendagenda hamwe n'ubutare, n'ibindi bintu ngirakamaro bifise amabara atandukanye, biri mu nda y'isi. Mw'irema ry'ivyo vyose rero, mu butandukane bw'amabara yavyo n'akamaro kavyo, ni ukuri harimwo icemezo kigaragara, cotuma abantu bibuka bagasenga Imana Imwe Rudende Allah batayibangikanya.

وَمَا ذَرَأَ لَكُمۡ فِي ٱلۡأَرۡضِ مُخۡتَلِفًا أَلۡوَٰنُهُۥٓۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗ لِّقَوۡمٖ يَذَّكَّرُونَ ١٣

14. Ni na Yo Yabaremeye ibahari kugira murye ifi murovyemwo zifise inyama yoroshe, mwongere mucukure muri nya bahari ibikoresho muhinguramwo ibisharizo mwambara[1]. Muzobona n'ubwato amahanga bubunguruza bugendera ku mazi muri nya bahari, kugira murondere icobabeshaho mu ruja n'uruza rw'urudandazwa ruca muri yo; ivyo vyose rero, Imana Allah Ikaba Yabibaremeye kugira muyishimire ku nema zayo, muheze muyisenge ari Imwe Rudende mutayibangikanya.

وَهُوَ ٱلَّذِي سَخَّرَ ٱلۡبَحۡرَ لِتَأۡكُلُواْ مِنۡهُ لَحۡمٗا طَرِيّٗا وَتَسۡتَخۡرِجُواْ مِنۡهُ حِلۡيَةٗ تَلۡبَسُونَهَاۖ وَتَرَى ٱلۡفُلۡكَ مَوَاخِرَ فِيهِ وَلِتَبۡتَغُواْ مِن فَضۡلِهِۦ وَلَعَلَّكُمۡ تَشۡكُرُونَ ١٤

15. Yarashinze n'imisozi mw'isi kugira iyigumye, ntibazungagize; Ibashiriraho n'inzuzi mwikorako, Ibacira n'inzira mucamwo kugira ntimuzimire inzira ibashikana aho mwipfuza kuja;

وَأَلۡقَىٰ فِي ٱلۡأَرۡضِ رَوَٰسِيَ أَن تَمِيدَ بِكُمۡ وَأَنۡهَٰرٗا وَسُبُلٗا لَّعَلَّكُمۡ تَهۡتَدُونَ ١٥

16. Yabashiriyeho n'ibimenyetso bibazimurura ku murango; mw'ijoro naho, inyenyeri zikabazimurura.

وَعَلَٰمَٰتٖۚ وَبِٱلنَّجۡمِ هُمۡ يَهۡتَدُونَ ١٦

[1] Nka lulu na marjani.

17. Mbega none, Imana Allah Ishoboye kurema ivyo vyose, ni Yo mubangikanya n'ibigirwamana bidashoboye kurema na kimwe! Ubwo ntimwokwibuka icubahiro c'Imana Allah, mugaheza mukayisenga ari Imwe Rudende!

أَفَمَن يَخۡلُقُ كَمَن لَّا يَخۡلُقُۚ أَفَلَا تَذَكَّرُونَ ١٧

18. Mu gihe rero mwodondagura ido n'ido inema z'Imana Allah, ntimwogenda mushoboye kuziharura ngo muheze muronke ingene mwoyishimira kuri nya nema. Ni ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِن تَعُدُّواْ نِعۡمَةَ ٱللَّهِ لَا تُحۡصُوهَآۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَغَفُورٞ رَّحِيمٞ ١٨

19. Burya, Imana Allah Irazi neza ivyo mukora vyose, kandi Izobibahembera, vyaba ivyo muhisha mu mishaha canke ivyo mukorera mu mpisho, hamwe n'ivyo mukorera ku mugaragaro.

وَٱللَّهُ يَعۡلَمُ مَا تُسِرُّونَ وَمَا تُعۡلِنُونَ ١٩

20. Ibigirwamana ababangikanyamana basenga mu gishingo c'Imana Allah, ntibishoboye kurema n'aho koba n'akantu inzatsa, kanatsinda na vyo nyene vyabajwe n'ababangikanyamana;

وَٱلَّذِينَ يَدۡعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ لَا يَخۡلُقُونَ شَيۡـٔٗا وَهُمۡ يُخۡلَقُونَ ٢٠

21. Ntivyinyagaza na gato ngo bigire ico vyimariye, eka nta n'ubuzima bifise, ntibizi n'igihe Imana Allah Izozurirako ababisenga.

أَمۡوَٰتٌ غَيۡرُ أَحۡيَآءٖۖ وَمَا يَشۡعُرُونَ أَيَّانَ يُبۡعَثُونَ ٢١

22. Imana yanyu Ibwirijwe gusengwa vy'ukuri, ni Imana Imwe Rudende Allah, burya abatemera ko hariho izuka ry'ibiremwa, imitima yabo irahakana ko hariho Imana Imwe Rudende, bakagira n'amanyama mu kutemera kuyisenga vy'ukuri ari Imwe Rudende.

إِلَٰهُكُمۡ إِلَٰهٞ وَٰحِدٞۚ فَٱلَّذِينَ لَا يُؤۡمِنُونَ بِٱلۡأٓخِرَةِ قُلُوبُهُم مُّنكِرَةٞ وَهُم مُّسۡتَكۡبِرُونَ ٢٢

23. Ni ivy'ukuri ko Imana Allah Izi neza cane ivyo bemera bakanabigirira mu mpisho n'ivyo bagirira ku mugaragaro, kandi Izobibahembera. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntikunda namba abagira amanyama mu kutayemera.

لَا جَرَمَ أَنَّ ٱللَّهَ يَعۡلَمُ مَا يُسِرُّونَ وَمَا يُعۡلِنُونَۚ إِنَّهُۥ لَا يُحِبُّ ٱلۡمُسۡتَكۡبِرِينَ ٢٣

24. Ababangikanyamana iyo babajijwe bati: "Mbega Imana yanyu Rurema Allah, ni ibiki Yamanuriye Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)?". Bishura bati: "Yayimanuriye imigani n'ibitito vy'ab'aho hambere".

وَإِذَا قِيلَ لَهُم مَّاذَآ أَنزَلَ رَبُّكُمۡ قَالُوٓاْ أَسَٰطِيرُ ٱلۡأَوَّلِينَ ٢٤

25. Imperuka yabo ku musi w'izuka, kuzoba ukwiremeka ivyaha vyabo vyose hiyongeyeko n'umutwaro wa bimwe mu vyaha vy'abo babeshe, bakababuhubisha ku bujuju inzira y'ubwislamu. Bantu, nimwumve mwumvireho! Ni bibi cane ivyaha bazokwiremeka.

لِيَحۡمِلُوٓاْ أَوۡزَارَهُمۡ كَامِلَةٗ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ وَمِنۡ أَوۡزَارِ ٱلَّذِينَ يُضِلُّونَهُم بِغَيۡرِ عِلۡمٍۗ أَلَا سَآءَ مَا يَزِرُونَ ٢٥

26. Abantu bo hambere y'abo, barateze imitego Intumwa barungikiwe, maze Imana Allah Iraheza Inyiganza inyubako y'ubuhuvyi bwabo guhera ku mushinge wayo, urusenge rwayo rubasenyukirako, maze bashikirwa n'ibihano barahona mu buryo bataziga;

قَدۡ مَكَرَ ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِمۡ فَأَتَى ٱللَّهُ بُنۡيَٰنَهُم مِّنَ ٱلۡقَوَاعِدِ فَخَرَّ عَلَيۡهِمُ ٱلسَّقۡفُ مِن فَوۡقِهِمۡ وَأَتَىٰهُمُ ٱلۡعَذَابُ مِنۡ

حَيْثُ لَا يَشْعُرُونَ ﴿٢٦﴾

ثُمَّ يَوْمَ ٱلْقِيَـٰمَةِ يُخْزِيهِمْ وَيَقُولُ أَيْنَ شُرَكَآءِىَ ٱلَّذِينَ كُنتُمْ تُشَٰٓقُّونَ فِيهِمْ ۚ قَالَ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْعِلْمَ إِنَّ ٱلْخِزْىَ ٱلْيَوْمَ وَٱلسُّوٓءَ عَلَى ٱلْكَـٰفِرِينَ ﴿٢٧﴾

27. Hanyuma ku musi w'izuka naho, Imana Allah Izobatetereza mu kubahanisha umuriro, Ice Ibabwira Iti: "Bari hehe rero abo mwahora mumbangikanya mukabasenga, ari na bo batumye murwanya Intumwa hamwe n'abemeramana kw'isi! Nibaseruke rero, kugira babakure mu bihano". Abahawe ubumenyi bakabugendera bazovuga bati: "Ni ukuri, uguteterezwa n'ibihano vy'uno musi, ni ku bagarariji";

ٱلَّذِينَ تَتَوَفَّىٰهُمُ ٱلْمَلَـٰٓئِكَةُ ظَالِمِىٓ أَنفُسِهِمْ ۖ فَأَلْقَوُا۟ ٱلسَّلَمَ مَا كُنَّا نَعْمَلُ مِن سُوٓءٍ ۚ بَلَىٰٓ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٌۢ بِمَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٢٨﴾

28. Abakurwamwo imitima n'abamalayika bagapfa barirenganije mu guhakana, maze bagaca bugufi kuko babonye urwabo rushitse, bakihakana ibigirwamana bahora basenga, bakanavuga bati: "Nta co twigeze dukora mu bicumuro!", bagaheza bakishurwa bati: "Mwanguha! Ahubwo mwari mwarimonogoje; mu gucumura, ni ukuri Imana Allah, Irazi neza ivyo mwakoze vyose, kandi Izobibahembera";

فَٱدْخُلُوٓا۟ أَبْوَٰبَ جَهَنَّمَ خَـٰلِدِينَ فِيهَا ۖ فَلَبِئْسَ مَثْوَى ٱلْمُتَكَبِّرِينَ ﴿٢٩﴾

29. Kubera ivyo rero, bazobwirwa ku musi w'izuka bati: "Nimwinjire mu miryango y'umuriro wa Jahannamu, muzowubamwo ibihe bidahera". Iryo rero, ni ryo cumbi ribi cane ry'abagira amanyama mu kutemera Imana Allah.

۞ وَقِيلَ لِلَّذِينَ ٱتَّقَوْا۟ مَاذَآ أَنزَلَ رَبُّكُمْ ۚ قَالُوا۟ خَيْرًا ۗ لِّلَّذِينَ أَحْسَنُوا۟ فِى هَـٰذِهِ ٱلدُّنْيَا حَسَنَةٌ ۚ وَلَدَارُ ٱلْـَٔاخِرَةِ خَيْرٌ ۚ وَلَنِعْمَ دَارُ ٱلْمُتَّقِينَ ﴿٣٠﴾

30. Nayo abagamburukiramana bagize ngo barabazwa bati: "Mbega Imana yanyu Rurema Allah, ni ibiki Yamanuriye Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)?", bazokwishura bati: "Yayimanuriye ivyiza n'uburongozi". Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo kuri ino si, bakararikira n'abandi ukwemera n'ugukora ivyiza bitegetswe, baragenewe intsinzi no kuroranirwa kw'isi; mu buzima bw'inyuma yo gupfa naho, barategekanirijwe ivyiza bisumba ivyo bagenewe kw'isi. Iryo rero ni ryo cumbi ryiza cane mu buzima bw'inyuma yo gupfa ku bagamburukiramana;

جَنَّـٰتُ عَدْنٍ يَدْخُلُونَهَا تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَـٰرُ ۖ لَهُمْ فِيهَا مَا يَشَآءُونَ ۚ كَذَٰلِكَ يَجْزِى ٱللَّهُ ٱلْمُتَّقِينَ ﴿٣١﴾

31. Imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni", bazokwinjira muri nya Bwami babubemwo ibihe bidahera, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi; bazoronswa muri nya Bwami ivyo bipfuza vyose. Ni nk'iyo mpera rero Imana Allah, Ihemba abagamburukiramana;

ٱلَّذِينَ تَتَوَفَّىٰهُمُ ٱلْمَلَـٰٓئِكَةُ طَيِّبِينَ يَقُولُونَ سَلَـٰمٌ عَلَيْكُمُ ٱدْخُلُوا۟ ٱلْجَنَّةَ بِمَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٣٢﴾

32. Abakurwamwo imitima n'abamalayika bagapfa barejejwe imitima, maze bagaca bababwira bati: "Nimugire amahoro, muragasimba imanga, nimwinjire rero mu Bwami bw'ijuru ku vyiza mwakoze mukiri kw'isi, mukemera Imana Allah mukanayumvira".

33. Burya, ababangikanyamana nta co barindiriye imbere yuko bemera, atari uko urwabo rushika bagakurwamwo imitima n'abamalayika, bagapfa bakigarariza; canke bagashikirwa n'ibihano vy'Imana Allah bikabahonya. Ni nk'ukwo nyene rero, abo hambere y'abo bagararije bagahanwa, kandi Imana Allah ntiyabarenganije namba muri ukwo guhanwa, ariko ni bo birenganije mu kugarariza;

هَلْ يَنظُرُونَ إِلَّآ أَن تَأْتِيَهُمُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ أَوْ يَأْتِىَ أَمْرُ رَبِّكَ ۚ كَذَٰلِكَ فَعَلَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ ۚ وَمَا ظَلَمَهُمُ ٱللَّهُ وَلَٰكِن كَانُوٓا۟ أَنفُسَهُمْ يَظْلِمُونَ ﴿٣٣﴾

34. Maze bahuganirwa n'ivyo bakoze, baca bashikirwa n'ibihano bahora bateburako ngo ntibazobihabwa;

فَأَصَابَهُمْ سَيِّـَٔاتُ مَا عَمِلُوا۟ وَحَاقَ بِهِم مَّا كَانُوا۟ بِهِۦ يَسْتَهْزِءُونَ ﴿٣٤﴾

35. Ababangikanyamana bavuze biregura bati: "Iyo Imana Allah Ishaka ko tuyisenga ari Imwe Rudende, twebwe eka n'abavyeyi bacu, ntitwari gusenga mu gishingo cayo iyindi mana, ntitwari no kuziririza na kimwe Itigeze Iziririza". Ni nk'ico cireguzo nyene abagarariji bo hambere y'abo bireguje babesha[1], nta n'ikindi Intumwa zarungikiwe kiretse ugushikiriza ubutumwa butomoye.

وَقَالَ ٱلَّذِينَ أَشْرَكُوا۟ لَوْ شَآءَ ٱللَّهُ مَا عَبَدْنَا مِن دُونِهِۦ مِن شَىْءٍ نَّحْنُ وَلَآ ءَابَآؤُنَا وَلَا حَرَّمْنَا مِن دُونِهِۦ مِن شَىْءٍ ۚ كَذَٰلِكَ فَعَلَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ ۚ فَهَلْ عَلَى ٱلرُّسُلِ إِلَّا ٱلْبَلَٰغُ ٱلْمُبِينُ ﴿٣٥﴾

36. Ni ukuri mu mugwi wose w'abantu, Twararungitse Intumwa ibabwiriza iti: "Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende, muheze muvavanure n'ibangikanyamana mu gusenga ibigirwamana vy'ubwoko bwose[2]". Muri buri mugwi w'abantu rero, harimwo abagamburutse maze Imana Allah Irabarongora, harimwo n'ababaye ibigaba maze Imana Allah Irabareka barahuba. Kubera ivyo rero, nimugendagende kw'isi, muheze mwirabire iherezo ry'abahakanyi uko ryagenze.

وَلَقَدْ بَعَثْنَا فِى كُلِّ أُمَّةٍ رَّسُولًا أَنِ ٱعْبُدُوا۟ ٱللَّهَ وَٱجْتَنِبُوا۟ ٱلطَّٰغُوتَ ۖ فَمِنْهُم مَّنْ هَدَى ٱللَّهُ وَمِنْهُم مَّنْ حَقَّتْ عَلَيْهِ ٱلضَّلَٰلَةُ ۚ فَسِيرُوا۟ فِى ٱلْأَرْضِ فَٱنظُرُوا۟ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلْمُكَذِّبِينَ ﴿٣٦﴾

37. Ntumwa y'Imana! Niwitwararika na ntaryo kurongora ababangikanyamana, uramenya ko mu vy'ukuri Imana Allah, Itarongora uwo Yaretse kubera ubugaba bwiwe agahuba, eka n'ababangikanyamana ntibazoronka mw'isi yose uwubakingira ibihano vy'Imana Allah.

إِن تَحْرِصْ عَلَىٰ هُدَىٰهُمْ فَإِنَّ ٱللَّهَ لَا يَهْدِى مَن يُضِلُّ ۖ وَمَا لَهُم مِّن نَّٰصِرِينَ ﴿٣٧﴾

38. Ababangikanyamana bararahiye bararengwa kw'izina ry'Imana Allah, ko Imana Allah Idashoboye kuzura uwapfuye, yamaze no kubora. Imana Allah Yobuzwa n'iki kumuzura! Imana Allah isango Yagenye ryo kuzura ibiremwa, ni iry'ukuri, ariko abenshi mu bantu ntibabizi ngo bategere ubushobozi n'ububasha vyayo mu kuzura abapfuye.

وَأَقْسَمُوا۟ بِٱللَّهِ جَهْدَ أَيْمَٰنِهِمْ لَا يَبْعَثُ ٱللَّهُ مَن يَمُوتُ ۚ بَلَىٰ وَعْدًا عَلَيْهِ حَقًّا وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٣٨﴾

[1] Muri ukwo kwiregura rero, barabeshe kuko Imana Allah Yarabahaye ubushobozi bwo guhitamwo gukora iciza canke ikibi, Iranabarungikira Intumwa zibatomorera amabwirizwa yayo; ibirekuwe n'ibizira, kugira ntibazokwitwaze ukutamenya canke ivyagezwe.

[2] Ibigirwamana vyo mu bwoko bwose "TWAAGHUUT", ni ikiremwa ico ari co cose gisengwa mu gishingo c'Imana Allah, gishimishwa n'iryo sengwa.

39. Imana Allah, Izozura ibiremwa vyose kugira Ivyereke ukuri kw'izuka vyahazanyeko, no kugira ngo abagararije mu guhakana izuka ry'ibiremwa, bamenye ko babeshe.

لِيُبَيِّنَ لَهُمُ ٱلَّذِى يَخْتَلِفُونَ فِيهِ وَلِيَعْلَمَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓاْ أَنَّهُمْ كَانُواْ كَٰذِبِينَ ﴿٣٩﴾

40. Izura ry'ibiremwa rero kuri Twebwe Allah, rirororoshe. Ni ukuri, iyo Dushatse ko ikintu ico ari co cose kiba, Tukibwira gusa Duti: "Ba", kigaca kiba ubwo nyene.

إِنَّمَا قَوْلُنَا لِشَىْءٍ إِذَآ أَرَدْنَٰهُ أَن نَّقُولَ لَهُۥ كُن فَيَكُونُ ﴿٤٠﴾

41. Abakuwe mu zabo bakimuka ku bw'Imana Allah inyuma y'aho barenganirijwe, ni ukuri Tuzobaha icumbi ryiza kw'isi, Tubategekanirije n'indishi y'Ubwami bw'ijuru mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni yo mpembo nini gusumba. Iyo rero abaretse kwimuka bamenya impembo yagenewe abimutse ku bw'Imana Allah, nta n'umwe yari gusigara inyuma;

وَٱلَّذِينَ هَاجَرُواْ فِى ٱللَّهِ مِنۢ بَعْدِ مَا ظُلِمُواْ لَنُبَوِّئَنَّهُمْ فِى ٱلدُّنْيَا حَسَنَةً ۖ وَلَأَجْرُ ٱلْءَاخِرَةِ أَكْبَرُ ۚ لَوْ كَانُواْ يَعْلَمُونَ ﴿٤١﴾

42. Abimutse mu guharanira vy'ukuri idini ry'Imana Allah, ni abihanganiye kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah, bakihanganira n'ivyagezwe kuri bo, bakishimikiza Imana yabo Rurema bakayizera.

ٱلَّذِينَ صَبَرُواْ وَعَلَىٰ رَبِّهِمْ يَتَوَكَّلُونَ ﴿٤٢﴾

43. Ntumwa y'Imana! Ntitwigeze Dutuma mu bantu b'aho hambere yawe, kiretse ko Twatuma Intumwa mu bantu b'abagabo, batari mu bamalayika, Tugaheza rero Tugahishurira nya Ntumwa amabwirizwa yacu. Babangikanyamana! Nimwaba mutemera ivyo, murabaza abamenyi mu bahawe Ibitabu, bazobabwira ko Intumwa zose zarungitswe zava mu bantu b'abagabo nimwaba mutazi ko vyari ukwo[1].

وَمَآ أَرْسَلْنَا مِن قَبْلِكَ إِلَّا رِجَالًا نُّوحِىٓ إِلَيْهِمْ ۖ فَسْـَٔلُوٓاْ أَهْلَ ٱلذِّكْرِ إِن كُنتُمْ لَا تَعْلَمُونَ ﴿٤٣﴾

44. Intumwa z'aho hambere rero, Twazirungikana ivyemezo bitomoye hamwe n'Ibitabu. Ntumwa y'Imana! Na we nyene, Twakumanuriye Qor'ani kugira utomorere abantu amabwirizwa y'ivyo bahishuriwe, kugira ngo biyumvire baheze batahure nya mabwirizwa banayubahirize.

بِٱلْبَيِّنَٰتِ وَٱلزُّبُرِ ۗ وَأَنزَلْنَآ إِلَيْكَ ٱلذِّكْرَ لِتُبَيِّنَ لِلنَّاسِ مَا نُزِّلَ إِلَيْهِمْ وَلَعَلَّهُمْ يَتَفَكَّرُونَ ﴿٤٤﴾

45. Mbega burya abagarariji batega imitego abemeramana, boba batekaniwe ku Mana Allah, ko Itobafuririra mu kuzimu nk'uko Yafuriye Qaaruuni! Canke ko batoshikirwa n'ibihano mu buryo batari biteze!;

أَفَأَمِنَ ٱلَّذِينَ مَكَرُواْ ٱلسَّيِّـَٔاتِ أَن يَخْسِفَ ٱللَّهُ بِهِمُ ٱلْأَرْضَ أَوْ يَأْتِيَهُمُ ٱلْعَذَابُ مِنْ حَيْثُ لَا يَشْعُرُونَ ﴿٤٥﴾

46. Canke bagashikirwa n'ibihano giturumbuka, bari mu kwishira no kwizana[2]! Nta ho rero bohungira ibihano vy'Imana Allah, canke ngo bayinanire Ishatse kubahana;

أَوْ يَأْخُذَهُمْ فِى تَقَلُّبِهِمْ فَمَا هُم بِمُعْجِزِينَ ﴿٤٦﴾

47. Canke boba batekaniwe ku Mana Allah ko Itobahana mu gihe bafise impungenge zo guhanwa! Burya rero Imana Allah, ni Nyenikigongwe, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

أَوْ يَأْخُذَهُمْ عَلَىٰ تَخَوُّفٍ فَإِنَّ رَبَّكُمْ لَرَءُوفٌ رَّحِيمٌ ﴿٤٧﴾

---

[1] Iyi Aayah isaba umuntu wese afise akamubakiye mw'idini, ko ategerezwa kubaza abamenyi babushitse.

[2] Canke ko Imana Allah Itobahanisha gukehanirwa mu matungo n'umwimbu, no kubura ababo.

48. Mbega abagarariji ntibaraba ivyaremwe n'Imana Allah bifise igitutu; nk'imisozi n'ibiti, ngo babone ko igitutu cavyo hari igihe gihengamira iburyo canke ibubamfu, gikurikije uruhande izuba ririko ku murango, n'uruhande ukwezi kuriko mw'ijoro, vyose bikaba vyicisha bugufi ku Mana yavyo Allah, kandi vyubahiriza n'itegeko ryayo!

أَوَلَمْ يَرَوْا۟ إِلَىٰ مَا خَلَقَ ٱللَّهُ مِن شَىْءٍ يَتَفَيَّؤُا۟ ظِلَٰلُهُۥ عَنِ ٱلْيَمِينِ وَٱلشَّمَآئِلِ سُجَّدًا لِّلَّهِ وَهُمْ دَٰخِرُونَ ﴿٤٨﴾

49. Ibigendagenda biri mu majuru n'ibiri mw'isi, vyose vyubamira Imana Allah; n'abamalayika nyene[1] bubamira Imana Allah, kandi ntibagira amanyama ngo bareke kwicisha bugufi kuri Yo;

وَلِلَّهِ يَسْجُدُ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ مِن دَآبَّةٍ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةُ وَهُمْ لَا يَسْتَكْبِرُونَ ﴿٤٩﴾

50. Batinya Imana yabo Rurema Allah Iri hejuru yabo[2] mu cubahiro n'amatazirano yayo, kandi bashira mu ngiro ivyo bategetswe na Yo.

يَخَافُونَ رَبَّهُم مِّن فَوْقِهِمْ وَيَفْعَلُونَ مَا يُؤْمَرُونَ ﴿٥٠﴾

51. Imana Allah Yavuze Ibwira abaja bayo Iti: "Ntimukagire imana zibiri musenga, ahubwo Imana mukwiye gusenga, ni Imwe Rudende Allah, ni Jewe gusa rero mukwiye gutinya".

۞ وَقَالَ ٱللَّهُ لَا تَتَّخِذُوٓا۟ إِلَٰهَيْنِ ٱثْنَيْنِ ۖ إِنَّمَا هُوَ إِلَٰهٌ وَٰحِدٌ ۖ فَإِيَّٰىَ فَٱرْهَبُونِ ﴿٥١﴾

52. Imana Allah ni na Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru no mw'isi vyose; ni na Yo rero Ikwiye gusengwa no kugamburukirwa muri vyose. Aho nyene murabona ko mukwiye gusenga no kugamburukira ikitari Imana Allah!

وَلَهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَلَهُ ٱلدِّينُ وَاصِبًا ۚ أَفَغَيْرَ ٱللَّهِ تَتَّقُونَ ﴿٥٢﴾

53. Bantu! Inema iyo ari yo yose rero mufise[3], ikomoka ku Mana Allah; hanyuma iyo mukozweko n'icago c'indwara, c'igeragezwa n'ic'amapfa, ni kuri Yo nyene mugarukako mugatakamba muyiganyira ngo Ikibakureko;

وَمَا بِكُم مِّن نِّعْمَةٍ فَمِنَ ٱللَّهِ ثُمَّ إِذَا مَسَّكُمُ ٱلضُّرُّ فَإِلَيْهِ تَجْـَٔرُونَ ﴿٥٣﴾

54. Mu nyuma Yamara kubakurako nya cago, muri mwebwe hakavamwo umugwi uca usubira kandi kubangikanya Imana yawo Rurema Allah;

ثُمَّ إِذَا كَشَفَ ٱلضُّرَّ عَنكُمْ إِذَا فَرِيقٌ مِّنكُم بِرَبِّهِمْ يُشْرِكُونَ ﴿٥٤﴾

55. Gutyo inyuma y'ikurwako rya nya cago bakagarariza mu guhakana inema zacu Twebwe Allah Twabahaye, hatibagiwe no kubakurako ivyago. Bahakanyi! Nimuryoherwe rero mwidagadure gato mu buzima bwo kw'isi, muzoheza mumenye iherezo ry'ubuhakanyi bwanyu.

لِيَكْفُرُوا۟ بِمَآ ءَاتَيْنَٰهُمْ ۚ فَتَمَتَّعُوا۟ فَسَوْفَ تَعْلَمُونَ ﴿٥٥﴾

56. Ababangikanyamana baraheza bakanagenera ibigirwamana ata co bibamariye, ata n'ico bibiciye, umugabane mu nema zacu Twabaronkeje. Ndarahiye kw'izina ryanje Jewe Allah, ko mu vy'ukuri muzobazwa ku musi w'izuka ku vyo mwari mwararementanirije Imana Allah kw'isi;

وَيَجْعَلُونَ لِمَا لَا يَعْلَمُونَ نَصِيبًا مِّمَّا رَزَقْنَٰهُمْ ۗ تَٱللَّهِ لَتُسْـَٔلُنَّ عَمَّا كُنتُمْ تَفْتَرُونَ ﴿٥٦﴾

---

[1] Imana Allah muri iyi Aayah, Yadomyeko urutoke abamalayika kandi na bo baharurwa mu bigendagenda, ku kubera ubwinshi bwabo n'icubahiro bafise kuri Yo.

[2] Iyi Aayah, irerekana ko Imana Allah Iri hejuru y'ibiremwa mu bumana bwayo nk'uko biyikwiye.

[3] Inema iyo ari yo yose ishingiye ku kuba umugororotsi, ku kuroranirwa mu magara, ku kuronswa ibikubeshaho n'ibibondo, n'ibindi.

57. Bakanomekera abamalayika ku Mana Allah ngo ni abana bayo b'abakobwa ku kwanka gusa abakobwa. Ukuninahazwa ni ukw'Imana Allah mu buryo burengeye cane ivyo bayomekera! Bagaheza bakiyitirira abana b'abahungu ku gukunda gusa abahungu.

وَيَجْعَلُونَ لِلَّهِ ٱلْبَنَٰتِ سُبْحَٰنَهُۥ وَلَهُم مَّا يَشْتَهُونَ ﴿٥٧﴾

58. Iyo hagize umwe muri bo ahabwa inkuru yuko yibarutse umwana w'umukobwa, yirirwa yijiriwe mu maso n'ishavu n'akantu;

وَإِذَا بُشِّرَ أَحَدُهُم بِٱلْأُنثَىٰ ظَلَّ وَجْهُهُۥ مُسْوَدًّا وَهُوَ كَظِيمٌ ﴿٥٨﴾

59. Yinyegeza abantu kubera intuntu n'iceyi yibwira ko yatewe no kwibaruka umwana w'umukobwa, yijijanya imitima ko yokwemera ico ceyi akareka nya mwana agakura, canke ko yomuhamba akiri muzima! Bantu, nimwumve mwumvireho! Ukwomekera kw'ababangikanyamana abana b'abakobwa ku Mana Allah, bakiyitirira abana b'abahungu, ni ingingo mbi cane.

يَتَوَٰرَىٰ مِنَ ٱلْقَوْمِ مِن سُوٓءِ مَا بُشِّرَ بِهِۦٓ ۚ أَيُمْسِكُهُۥ عَلَىٰ هُونٍ أَمْ يَدُسُّهُۥ فِى ٱلتُّرَابِ ۗ أَلَا سَآءَ مَا يَحْكُمُونَ ﴿٥٩﴾

60. Abatemera ko hariho ubuzima bw'inyuma yo gupfa ngo babwitegurire, barangwa n'ingeso mbi y'ubugarariji, ubujuju no kuba batikenuye; Imana Allah na Yo, Irangwa n'ukuba Ifise amazina n'amatazirano meza n'ukuba Yikenuye muri vyose. Ni na Yo rero Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

لِلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ بِٱلْءَاخِرَةِ مَثَلُ ٱلسَّوْءِ ۖ وَلِلَّهِ ٱلْمَثَلُ ٱلْأَعْلَىٰ ۚ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٦٠﴾

61. Iyo Imana Allah Yihutira guhana abantu ku kwirenganya kwabo mu kugarariza, ntiyari gusigaza kw'isi ikiremwa na kimwe kigendagenda, ariko rero Itenyenya kubahana gushika kw'isango ntarengwa ry'umwe wese muri bo ryo gupfa. Isango ry'umwe wese muri bo rero niryagera, ntihazorengako akanya na gato, eka ntihazonashika nya sango ritaragera.

وَلَوْ يُؤَاخِذُ ٱللَّهُ ٱلنَّاسَ بِظُلْمِهِم مَّا تَرَكَ عَلَيْهَا مِن دَآبَّةٍ وَلَٰكِن يُؤَخِّرُهُمْ إِلَىٰٓ أَجَلٍ مُّسَمًّى ۖ فَإِذَا جَآءَ أَجَلُهُمْ لَا يَسْتَـْٔخِرُونَ سَاعَةً وَلَا يَسْتَقْدِمُونَ ﴿٦١﴾

62. Bomekera ku Mana Allah abana b'abakobwa badakunda, bakanavuga babesha mu kwihenda ko bafise iherezo ryiza! Ni ivy'ukuri ko bategekanirijwe umuriro, n'uko bazoherayo amazimayongo.

وَيَجْعَلُونَ لِلَّهِ مَا يَكْرَهُونَ ۖ وَتَصِفُ أَلْسِنَتُهُمُ ٱلْكَذِبَ أَنَّ لَهُمُ ٱلْحُسْنَىٰ ۚ لَا جَرَمَ أَنَّ لَهُمُ ٱلنَّارَ وَأَنَّهُم مُّفْرَطُونَ ﴿٦٢﴾

63. Ndarahiye kw'izina ryanje Jewe Allah, ko mu vy'ukuri Twarungitse Intumwa ku migwi y'abantu b'aho hambere yawe, maze shetani irabaryohereza ibikorwa vyabo vy'ubugarariji n'ibangikanyamana; shetani rero, burya ni yo muhagarikizi wabo abahubisha kw'isi, baranategekanirijwe ibihano bibabaza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

تَٱللَّهِ لَقَدْ أَرْسَلْنَآ إِلَىٰٓ أُمَمٍ مِّن قَبْلِكَ فَزَيَّنَ لَهُمُ ٱلشَّيْطَٰنُ أَعْمَٰلَهُمْ فَهُوَ وَلِيُّهُمُ ٱلْيَوْمَ وَلَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٦٣﴾

64. Ntumwa y'Imana! Ntitwakumanuriye Igitabu ca Qor'ani atari ukugira ngo utomorere abantu ivyo bahazanako mw'idini n'amabwirizwa yayo, gutyo Qor'ani iheze ibere uburongozi n'impuhwe abemeramana vy'ukuri.

وَمَآ أَنزَلْنَا عَلَيْكَ ٱلْكِتَٰبَ إِلَّا لِتُبَيِّنَ لَهُمُ ٱلَّذِى ٱخْتَلَفُوا۟ فِيهِ ۙ وَهُدًى وَرَحْمَةً لِّقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ ﴿٦٤﴾

65. Imana Allah Yatumye hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, Iraheza Inagisha ibiterwa n'ivyimeza kw'isi hakoreshejwe amazi y'imvura, inyuma y'igaduka no gucika ubukumbagare kw'isi. Mu vy'ukuri, muri iryo gwa ry'imvura n'itotahazwa ry'isi, ni ukuri harimwo icemezo kigaragara cotuma abantu bumva, bategera bakamenya ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah mu kuzura ibiremwa.

وَٱللَّهُ أَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَأَحۡيَا بِهِ ٱلۡأَرۡضَ بَعۡدَ مَوۡتِهَآۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗ لِّقَوۡمٖ يَسۡمَعُونَ ٦٥

66. Bantu! Mu vy'ukuri mw'irema ry'ibitungwa, harimwo inkebuzo kuri mwebwe; Tubanywesha mu biciye mu nda yavyo, amata nya mata, ahinguwe mu ruvange rw'ibica mu mayezi n'amaraso, aryohera abanywi ntibashishwe;

وَإِنَّ لَكُمۡ فِي ٱلۡأَنۡعَٰمِ لَعِبۡرَةٗۖ نُّسۡقِيكُم مِّمَّا فِي بُطُونِهِۦ مِنۢ بَيۡنِ فَرۡثٖ وَدَمٖ لَّبَنًا خَالِصٗا سَآئِغٗا لِّلشَّٰرِبِينَ ٦٦

67. Biri no mu nema zacu kuri mwebwe, ivyamwa mwamura kw'itende n'imizabibu, mugaheza mukenga muri nya vyamwa ibiboreza[1], mukanabifungurako. Muri ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo icemezo, cotuma abantu bafise ubwenge batahura ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, bakikebuka bakayigamburukira.

وَمِن ثَمَرَٰتِ ٱلنَّخِيلِ وَٱلۡأَعۡنَٰبِ تَتَّخِذُونَ مِنۡهُ سَكَرٗا وَرِزۡقًا حَسَنًاۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗ لِّقَوۡمٖ يَعۡقِلُونَ ٦٧

68. Ntumwa y'Imana! Imana yawe Rurema Allah, Yareretse inzuki intumbero y'ukuntu zikwiye kubaho, Iti: "Muratondagira ku misozi no ku biti muhagire inzu (ibitiba), no ku nyubakwa z'aho abantu baba no ku nsenge zaho, na ho nyene murahagira inzu (ibitiba);

وَأَوۡحَىٰ رَبُّكَ إِلَى ٱلنَّحۡلِ أَنِ ٱتَّخِذِي مِنَ ٱلۡجِبَالِ بُيُوتٗا وَمِنَ ٱلشَّجَرِ وَمِمَّا يَعۡرِشُونَ ٦٨

69. Hanyuma mufungure (mudahe) ku mashurwe yose mwipfuza, muheze mukurikire inzira mworoherejwe gucamwo n'Imana yanyu Rurema Allah, mu kuja kurondera icobabeshaho mu misozi no ku biti". Mu nda h'inzuki rero, ni ho hahingurirwa ubuki, bukavamwo butandukanye kw'ibara. Burakiza abantu indwara zitandukanye. Muri iryo hingurwa ry'ubuki rero, ni ukuri harimwo icemezo kigaragara, cotuma abantu biyumvira, bikebuka bagatahura ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah.

ثُمَّ كُلِي مِن كُلِّ ٱلثَّمَرَٰتِ فَٱسۡلُكِي سُبُلَ رَبِّكِ ذُلُلٗاۚ يَخۡرُجُ مِنۢ بُطُونِهَا شَرَابٞ مُّخۡتَلِفٌ أَلۡوَٰنُهُۥ فِيهِ شِفَآءٞ لِّلنَّاسِۗ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗ لِّقَوۡمٖ يَتَفَكَّرُونَ ٦٩

70. Bantu! Imana Allah Yarabaremye hanyuma Izobaka ubuzima mupfe urwanyu nirwashika. Muri mwebwe rero, harimwo uwuzoshikanwa mu busaza gushika n'aho atakimenya na kimwe; nk'aho yoba yasubiye mu bwana agatangura guhoha, ntabe akimenya n'ivyo yahora azi imbere yuko asaza. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Mushoboravyose.

وَٱللَّهُ خَلَقَكُمۡ ثُمَّ يَتَوَفَّىٰكُمۡۚ وَمِنكُم مَّن يُرَدُّ إِلَىٰٓ أَرۡذَلِ ٱلۡعُمُرِ لِكَيۡ لَا يَعۡلَمَ بَعۡدَ عِلۡمٖ شَيۡـًٔاۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٞ قَدِيرٞ ٧٠

[1] Ukwenga ibiboreza mu vyamwa bivugwa ng'aha, hari imbere yuko habuzwa kwenga ibiboreza, hakaziririzwa no kubinywa.

71. Imana Allah Yarateye iteka bamwe muri mwebwe kw'isi gusumba abandi, gutyo muri mwebwe haba umutunzi n'umukene, umukoresha n'umukozi. Abahawe ubutunzi gusumba abandi rero, ntiboshobora guhereza kuri nya butunzi abatabuhawe, ngo baheze banganye, canke ngo babusabikanye. Abahawe ubutunzi rero, baramutse badashimishijwe n'uko bonganya canke bagasabikanya nya butunzi n'abatabuhawe, bigenda gute none ngo bashime ko Imana Allah Ibangikanywa n'ibiremwa vyayo, mu gihe na bo batemera gusabikanya n'abatahawe ubutunzi ubwabo bagaba bakaganza! Ukwo rero, ni kwo kwihakana koko inema z'Imana Allah.

وَٱللَّهُ فَضَّلَ بَعۡضَكُمۡ عَلَىٰ بَعۡضٖ فِي ٱلرِّزۡقِۚ فَمَا ٱلَّذِينَ فُضِّلُواْ بِرَآدِّي رِزۡقِهِمۡ عَلَىٰ مَا مَلَكَتۡ أَيۡمَٰنُهُمۡ فَهُمۡ فِيهِ سَوَآءٌۚ أَفَبِنِعۡمَةِ ٱللَّهِ يَجۡحَدُونَ ٧١

72. Imana Allah Yabaremeye abakenyezi musangiye inkomoko ya kiremwa-muntu kugira muturure; Ibagenera kuvyarana na bo, abana n'abuzukuru bazobakomokako, Iranabaronsa ivyiza birekuwe mu vyamwa, ibinyantete n'inyama, n'ibindi. Aho rero karashize ingani, abantu bemere ikinyoma gishingiye kw'isengwa ry'ibigirwamana, baheze bakanagare bihakane inema z'Imana Allah, zotuma ari Yo bakwiye gusenga ari Imwe Rudende, batayibangikanya!

وَٱللَّهُ جَعَلَ لَكُم مِّنۡ أَنفُسِكُمۡ أَزۡوَٰجٗا وَجَعَلَ لَكُم مِّنۡ أَزۡوَٰجِكُم بَنِينَ وَحَفَدَةٗ وَرَزَقَكُم مِّنَ ٱلطَّيِّبَٰتِۚ أَفَبِٱلۡبَٰطِلِ يُؤۡمِنُونَ وَبِنِعۡمَتِ ٱللَّهِ هُمۡ يَكۡفُرُونَ ٧٢

73. Ababangikanyamana basenga mu gishingo c'Imana Allah ibigirwamana ata na kimwe bishoboye, ntibishoboye kubaronsa ivyobabeshaho biturutse kw'igwa ry'imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, canke bivuye mu mwimbu w'ivyarimwe kw'isi. Eka nta na kimwe bishoboye, vyongeye ntibinakwiye kuba hari n'ico vyoshobora.

وَيَعۡبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَا لَا يَمۡلِكُ لَهُمۡ رِزۡقٗا مِّنَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ شَيۡـٔٗا وَلَا يَسۡتَطِيعُونَ ٧٣

74. Bantu! Mumaze gutahura ivyo vyose rero, ntimugafate ibibazano ngo mubihe ubushobozi bw'Imana Allah mu kubibangikanya na Yo mu gusenga. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irazi neza ivyo mukora, mu gihe mwebwe mwirabira hirya mukirengagiza kumenya iherezo ryanyu ribi.

فَلَا تَضۡرِبُواْ لِلَّهِ ٱلۡأَمۡثَالَۚ إِنَّ ٱللَّهَ يَعۡلَمُ وَأَنتُمۡ لَا تَعۡلَمُونَ ٧٤

75. Imana Allah Yarabaciriye agace k'umuntu agabwa n'uwundi, akaba ata na kimwe yigabira[1]; n'ak'uwundi muntu yigenga, akishira akizana, Twebwe Allah Tukaba Twamuronkeje ibimubeshaho vyiza birekuwe, maze akabitangako imperezwa mu mpisho no ku mugaragaro. Mbega none abo bantu bompi, boba bangana mu butore! Ni ukwo rero, Imana Allah Yaremye, Yikenuye, ntishobora kunganishwa n'ibiremwa vyayo. Ishimagizwa rero, ni iry'Imana Allah, ahubwo abenshi mu

۞ضَرَبَ ٱللَّهُ مَثَلٗا عَبۡدٗا مَّمۡلُوكٗا لَّا يَقۡدِرُ عَلَىٰ شَيۡءٖ وَمَن رَّزَقۡنَٰهُ مِنَّا رِزۡقٗا حَسَنٗا فَهُوَ يُنفِقُ مِنۡهُ سِرّٗا وَجَهۡرًاۖ هَلۡ يَسۡتَوُۥنَۚ ٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِۚ بَلۡ أَكۡثَرُهُمۡ لَا يَعۡلَمُونَ ٧٥

[1] Akarorero Imana Allah Itanga muri iyi Aayah no muri Aayah ikurikira, ni uburorero bwerekana amahinyu ari ku gusenga ibigirwamana mu biremwa vyaremwe, ata n'ico vyishoboje, ha gusenga Imana Allah, Yo Yabiremye, Ikaba ari na Yo Rugaba wavyo.

babangakikanyamana ntibazi ko Imana Allah ari Yo Ikwiye gushimagizwa no gusengwa.

76. Imana Allah Yarabaciriye agace k'abantu babiri; umwe muri bo akaba ari nyamuragi ata co yimariye, ata n'ico yomarira abandi, kiretse ko we ari umutwaro uremereye uwumutunze, ico ari co cose amutumye gukora, ntiyigera ashobora kugitunganya neza. Uwugira kabiri muri bo, akaba ari umuntu akomeye uduhimba twose, hari ico yimariye n'ico amariye abandi, akabwiriza kugendera ubutungane, kandi ari mu nzira igororotse. Mbega none abo bantu bompi, boba bangana mu butore!

وَضَرَبَ ٱللَّهُ مَثَلًا رَّجُلَيْنِ أَحَدُهُمَآ أَبْكَمُ لَا يَقْدِرُ عَلَىٰ شَىْءٍ وَهُوَ كَلٌّ عَلَىٰ مَوْلَىٰهُ أَيْنَمَا يُوَجِّههُّ لَا يَأْتِ بِخَيْرٍ هَلْ يَسْتَوِى هُوَ وَمَن يَأْمُرُ بِٱلْعَدْلِ وَهُوَ عَلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٧٦﴾

77. Imana Allah, ni Yo Rumenyi w'ibinyegejwe ibiremwa mu majuru no mw'isi. Kuri Yo, ishirwa mu ngiro ry'ingingo y'isango ry'umuhero w'isi, ni mu kanya isase nk'ikubita ry'urugohe canke mbere mu kanya ubusa kari musi yakwo. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Mushoboravyose.

وَلِلَّهِ غَيْبُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ وَمَآ أَمْرُ ٱلسَّاعَةِ إِلَّا كَلَمْحِ ٱلْبَصَرِ أَوْ هُوَ أَقْرَبُ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٧٧﴾

78. Imana Allah, Yabakuye mu nda za ba nyoko hageze kuvuka, ata na kimwe muzi; Yabahaye n'ibihimba bituma mumenya mugatahura, Ibaha amatwi, amaso n'umushaha, kugira muyishimire mu kuyisenga ari Imwe Rudende.

وَٱللَّهُ أَخْرَجَكُم مِّنۢ بُطُونِ أُمَّهَٰتِكُمْ لَا تَعْلَمُونَ شَيْـًٔا وَجَعَلَ لَكُمُ ٱلسَّمْعَ وَٱلْأَبْصَٰرَ وَٱلْأَفْـِٔدَةَ لَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ ﴿٧٨﴾

79. Mbega ababangikanyamana ntibararaba ngo babone inyoni ingene zoroherejwe kugendera mu kirere! Nta gituma zidakorokera hasi, kiretse ko Imana Allah Yaziremeye amababa n'imirizo, Iranazishoboza kuguruka mu kirere. Mw'ishobozwa ry'inyoni ryo kuguruka mu kirere, ni ukuri harimwo ivyemezo ku bemeramana, vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah.

أَلَمْ يَرَوْا۟ إِلَى ٱلطَّيْرِ مُسَخَّرَٰتٍ فِى جَوِّ ٱلسَّمَآءِ مَا يُمْسِكُهُنَّ إِلَّا ٱللَّهُ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَـَٔايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ ﴿٧٩﴾

80. Imana Allah Yabagiriye amazu yanyu mubamwo kuba ari ahantu muruhukira mugaheza mukagira ituze hamwe n'abanyu; Ibashoboza no mu gihe muri ku rugendo gushinga amahema ahinguwe mu nsato z'ibitungwa, ayo mahema araborohera kuyatwara mu gihe mwimutse, akaborohera no kuyashinga aho mucumbitse; Ibashoboza no guhingura mu bwoya bwavyo utwa nkenerwa dutandukanye, kugira muryoherwe gato mu buzima bwo kw'isi, gushika igihe isango ry'umwe wese muri mwebwe ryo gupfa, ryageze.

وَٱللَّهُ جَعَلَ لَكُم مِّنۢ بُيُوتِكُمْ سَكَنًا وَجَعَلَ لَكُم مِّن جُلُودِ ٱلْأَنْعَٰمِ بُيُوتًا تَسْتَخِفُّونَهَا يَوْمَ ظَعْنِكُمْ وَيَوْمَ إِقَامَتِكُمْ وَمِنْ أَصْوَافِهَا وَأَوْبَارِهَا وَأَشْعَارِهَآ أَثَٰثًا وَمَتَٰعًا إِلَىٰ حِينٍ ﴿٨٠﴾

81. Imana Allah Yabagiriye mu vyo Yaremye, ibintu mushobora kwikorako bikabaha agatutu; Ibagirira n'aho mushobora guhungira bikenewe, mu misozi, amasenga y'ibuye n'imyobo; Ibagirira n'impuzu zihinguwe mw'ipampa no mu bwoya, n'ibindi, zigaheza zikabakingira ubushuhe n'igikonyozi; Ibagirira n'ivyambarwa bihinguwe mu cuma, bibakingira ivyogeramira ubuzima bwanyu mu

وَٱللَّهُ جَعَلَ لَكُم مِّمَّا خَلَقَ ظِلَٰلًا وَجَعَلَ لَكُم مِّنَ ٱلْجِبَالِ أَكْنَٰنًا وَجَعَلَ لَكُمْ سَرَٰبِيلَ تَقِيكُمُ ٱلْحَرَّ وَسَرَٰبِيلَ تَقِيكُم

ndwano. Ni uko rero, Imana Allah Yabahaye ivyo vyose kugira Ibatunganirize inema yayo yo kubatomorera idini ry'ukuri, kugira mwicishe bugufi kuri Yo, muheze muyisenge ari Imwe Rudende mutayibangikanya.

بَأْسَكُمْ ۚ كَذَٰلِكَ يُتِمُّ نِعْمَتَهُۥ عَلَيْكُمْ لَعَلَّكُمْ تُسْلِمُونَ ﴿٨١﴾

82. Ntumwa y'Imana! Nibagenza umugongo rero, bakakwirengagiza inyuma y'aho bumviye ivyo vyemezo, ntuzokwicwe n'intuntu namba, kuko wewe mu vy'ukuri, nta kindi ujejwe kiretse gushikiriza ubutumwa butomoye.

فَإِن تَوَلَّوْا۟ فَإِنَّمَا عَلَيْكَ ٱلْبَلَٰغُ ٱلْمُبِينُ ﴿٨٢﴾

83. Ababangikanyamana barazi inema y'Imana Allah yo kurungikirwa Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), hanyuma bagahakana bivuye inyuma irungikwa ryayo, burya abenshi muri bo, barayigarariza.

يَعْرِفُونَ نِعْمَتَ ٱللَّهِ ثُمَّ يُنكِرُونَهَا وَأَكْثَرُهُمُ ٱلْكَٰفِرُونَ ﴿٨٣﴾

84. Ntumwa y'Imana! Ibutsa ababangikanyamana intureka z'umuhero w'isi, umusi Twarengukije Intumwa Twarungikiye umugwi umwumwe w'abantu, kugira ibere icabona abayemeye muri bo, yongere yagirize n'abayigararije, hanyuma abagararije muri bo ntibazohabwa uburenganzira bwo kwiregura ku bugarariji bwabo, eka ntibazonasabwa ko bashimisha Imana Allah mu kwigaya;

وَيَوْمَ نَبْعَثُ مِن كُلِّ أُمَّةٍ شَهِيدًا ثُمَّ لَا يُؤْذَنُ لِلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَلَا هُمْ يُسْتَعْتَبُونَ ﴿٨٤﴾

85. Abirenganije mu kugarariza, igihe babonye ibihano mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ntibazotezurirwa na gato mu bihano, eka ntibazonahabwa agahengwe.

وَإِذَا رَءَا ٱلَّذِينَ ظَلَمُوا۟ ٱلْعَذَابَ فَلَا يُخَفَّفُ عَنْهُمْ وَلَا هُمْ يُنظَرُونَ ﴿٨٥﴾

86. Ababangikanyamana na bo ku musi w'izuka, nibabona ibigirwamana vyabo, bazovuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Ibi ni vya bigirwamana vyacu twahora dutakambira mu gishingo cawe, maze tukakubangikanya". Nya bigirwamana na vyo bizokwishura bibeshuza ababitakambiye biti: "Babangikanyamana! Mu vy'ukuri, murabesha kuko twebwe ntitwigeze tubategeka kudusenga, eka ntitwanigeze tubabwira ko dukwiye gusengwa, nimwipfane".

وَإِذَا رَءَا ٱلَّذِينَ أَشْرَكُوا۟ شُرَكَآءَهُمْ قَالُوا۟ رَبَّنَا هَٰٓؤُلَآءِ شُرَكَآؤُنَا ٱلَّذِينَ كُنَّا نَدْعُوا۟ مِن دُونِكَ ۖ فَأَلْقَوْا۟ إِلَيْهِمُ ٱلْقَوْلَ إِنَّكُمْ لَكَٰذِبُونَ ﴿٨٦﴾

87. Ababangikanyamana rero kuri uyo musi, bazoheza bace bugufi ku Mana Allah; ivyo bahora basenga mw'irementanya na vyo, bizozimangana bigende amazimayongo.

وَأَلْقَوْا۟ إِلَى ٱللَّهِ يَوْمَئِذٍ ٱلسَّلَمَ ۖ وَضَلَّ عَنْهُم مَّا كَانُوا۟ يَفْتَرُونَ ﴿٨٧﴾

88. Ntumwa y'Imana! Abagararije bagahakana Imana Allah n'Intumwa yayo, bakanaburagiza abantu kwemera Imana Allah n'Intumwa yayo, Tuzobaha ibihano vy'iburagiza ryabo vyiyongereye ku bihano vy'igarariza ryabo, bitewe no kugenzwa n'ubwononyi kwabo.

ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَصَدُّوا۟ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ زِدْنَٰهُمْ عَذَابًا فَوْقَ ٱلْعَذَابِ بِمَا كَانُوا۟ يُفْسِدُونَ ﴿٨٨﴾

89. Ntumwa y'Imana! Ibuka kandi umusi Twarengukije mu mugwi umwumwe w'abantu icabona kibagiriza, ico cabona

وَيَوْمَ نَبْعَثُ فِى كُلِّ أُمَّةٍ شَهِيدًا عَلَيْهِم مِّنْ أَنفُسِهِمْ ۖ وَجِئْنَا بِكَ شَهِيدًا عَلَىٰ هَٰٓؤُلَآءِ

kikazoba ari Intumwa Twawurungikiye ivuye muri wo nyene, maze Tukakurengutsa na we kugira ubere icabona aba bantu warungitsweko, ko wabashikirije ubutumwa. Twakumanuriye n'Igitabu ca Qor'ani kugira gitomore ikintu ico ari co cose gikeneye insiguro, congere kibere uburongozi n'impuhwe abacemera, kibere n'inkuru nziza iremesha abislamu.

وَنَزَّلْنَا عَلَيْكَ ٱلْكِتَٰبَ تِبْيَٰنًا لِّكُلِّ شَىْءٍ وَهُدًى وَرَحْمَةً وَبُشْرَىٰ لِلْمُسْلِمِينَ ﴿٨٩﴾

90. Mu vy'ukuri Imana Allah, Ibwiriza abaja bayo muri Qor'ani gutunganiriza abandi ata nkunzi; kurangwa n'ubugwaneza mu kuyisenga batayibangikanya, mu kwubahiriza amabwirizwa yayo no mu kwitwararika abandi; kwunga ubucuti bw'abavandimwe mu kubaha imperezwa; Ikababuza no gukora ivyaha vy'agahomerabunwa, ibicumuro no kurenganya abandi. Imana Allah rero, Irabakebura mu kubaha izi mpanuro, kugira mwibuke amabwirizwa yayo muheze muyubahirize.

۞إِنَّ ٱللَّهَ يَأْمُرُ بِٱلْعَدْلِ وَٱلْإِحْسَٰنِ وَإِيتَآئِ ذِى ٱلْقُرْبَىٰ وَيَنْهَىٰ عَنِ ٱلْفَحْشَآءِ وَٱلْمُنكَرِ وَٱلْبَغْىِ ۚ يَعِظُكُمْ لَعَلَّكُمْ تَذَكَّرُونَ ﴿٩٠﴾

91. Enda nyabuna rero, ba mwubahiriza isezerano ry'Imana Allah iyo hagize ico mwiyemeza kuri Yo, canke ku bantu mu gihe kidaciye kubiri n'amabwirizwa yayo; kandi ntimukisubireko mu ndahiro inyuma yo kuzishimangira, maze mukagira n'Imana Allah Umuhagarikizi wanyu igihe musezerana. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irazi ivyo mukora, Izonabibahembera.

وَأَوْفُوا۟ بِعَهْدِ ٱللَّهِ إِذَا عَٰهَدتُّمْ وَلَا تَنقُضُوا۟ ٱلْأَيْمَٰنَ بَعْدَ تَوْكِيدِهَا وَقَدْ جَعَلْتُمُ ٱللَّهَ عَلَيْكُمْ كَفِيلًا ۚ إِنَّ ٱللَّهَ يَعْلَمُ مَا تَفْعَلُونَ ﴿٩١﴾

92. Ntimukisubireko rero kw'isezerano mwahanye, ngo mube nk'umugore ari aho yajisha hanyuma yamara guheza, agaca ajishura ivyo yajishe; aho mugira indahiro zanyu mwarahiye hagati yanyu uruhendo, maze mukisubirako ku vyo mwasezeranye, mu gihe mubonye ko inyungu n'akamaro kanini kari mw'isezerano rindi mwogiranira n'abandi bantu. Ni ukuri Imana Allah, Irabageregeza kw'ibwirizwa ryo kwubahiriza amasezerano no kutisubirako mu ndahiro. Ni ukuri, Izobamenyesha ku musi w'izuka ukuri ku vyo mwahora muhazanako mw'idini no mu mabwirizwa yayo.

وَلَا تَكُونُوا۟ كَٱلَّتِى نَقَضَتْ غَزْلَهَا مِنۢ بَعْدِ قُوَّةٍ أَنكَٰثًا تَتَّخِذُونَ أَيْمَٰنَكُمْ دَخَلًۢا بَيْنَكُمْ أَن تَكُونَ أُمَّةٌ هِىَ أَرْبَىٰ مِنْ أُمَّةٍ ۚ إِنَّمَا يَبْلُوكُمُ ٱللَّهُ بِهِۦ ۚ وَلَيُبَيِّنَنَّ لَكُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ مَا كُنتُمْ فِيهِ تَخْتَلِفُونَ ﴿٩٢﴾

93. Iyo rero Imana Allah Ishaka, Yari kubagira mwese umugwi umwe, Ikabahatira kuba abislamu, ariko rero Ituma uwo Ishatse ahuba ku butumva bwiwe, Ikarongora uwo Ishatse ku bugamburutsi bwiwe; kandi ni ukuri, muzobazwa n'Imana Allah ku musi w'izuka ku vyo mwakoze kw'isi, Iheze Ibibahembere.

وَلَوْ شَآءَ ٱللَّهُ لَجَعَلَكُمْ أُمَّةً وَٰحِدَةً وَلَٰكِن يُضِلُّ مَن يَشَآءُ وَيَهْدِى مَن يَشَآءُ ۚ وَلَتُسْـَٔلُنَّ عَمَّا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٩٣﴾

94. Ntimukagire rero indahiro zanyu mwarahiye hagati yanyu uruhendo, kuko mwohava muhungabana maze mugahona inyuma y'aho mwari mutekanye; mukaba nk'umuntu yanyereye agatemba nk'amazi inyuma y'aho yari ahagaze bwuma, mukanahonja n'ibihano vyo kw'isi

وَلَا تَتَّخِذُوٓا۟ أَيْمَٰنَكُمْ دَخَلًۢا بَيْنَكُمْ فَتَزِلَّ قَدَمٌۢ بَعْدَ ثُبُوتِهَا وَتَذُوقُوا۟ ٱلسُّوٓءَ بِمَا

kuko mwabaye imvo yo kuburagiza abantu kwinjira mu bwislamu[1], muranategekanirijwe ibihano rutura mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

صَدَدتُّمْ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ وَلَكُمْ عَذَابٌ عَظِيمٌ ﴿٩٤﴾

95. Ntimukisubireko rero mu gufata isezerano ry'Imana Allah mukarihindura kugira ngo muriguze ibintu vy'agaciro gato cane mu vy'isi. Mu vy'ukuri, mu gihe mwokwubahiriza iryo sezerano, indishi mutegekanirijwe n'Imana Allah ni nziza gusumba nimwaba muzi gutandukanya ivyiza vyo kw'isi n'ivyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَلَا تَشْتَرُواْ بِعَهْدِ ٱللَّهِ ثَمَنًا قَلِيلًا ۚ إِنَّمَا عِندَ ٱللَّهِ هُوَ خَيْرٌ لَّكُمْ إِن كُنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿٩٥﴾

96. Ivyo mufise mu bihendamaso vy'isi birahera, nayo ibiri ku Mana Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa vyamaho. Ni ukuri, abihanganiye iyubahiriza ry'amabwirizwa yacu kw'isi, Tuzobahemba indishi yabo nziza ibereye[2] ku vyo bari barakoze kw'isi.

مَا عِندَكُمْ يَنفَدُ ۖ وَمَا عِندَ ٱللَّهِ بَاقٍ ۗ وَلَنَجْزِيَنَّ ٱلَّذِينَ صَبَرُوٓاْ أَجْرَهُم بِأَحْسَنِ مَا كَانُواْ يَعْمَلُونَ ﴿٩٦﴾

97. Uwukoze iciza rero, yaba umuhungu canke umukobwa, akaba yemera n'Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo, ni ukuri Tuzomuha ubuzima bwiza bw'iteka n'itekane kw'isi n'aho yobaho akenye; kandi ni ukuri mu buzima bw'inyuma yo gupfa, azoba ari mu bo Tuzohemba indishi yabo nziza ibereye ku vyo bari barakoze.

مَنْ عَمِلَ صَٰلِحًا مِّن ذَكَرٍ أَوْ أُنثَىٰ وَهُوَ مُؤْمِنٌ فَلَنُحْيِيَنَّهُۥ حَيَوٰةً طَيِّبَةً ۖ وَلَنَجْزِيَنَّهُمْ أَجْرَهُم بِأَحْسَنِ مَا كَانُواْ يَعْمَلُونَ ﴿٩٧﴾

98. Mwemeramana! Niwashaka gusoma Qor'ani, urabanza wikinge ku Mana Allah, Igukingire inyoshambi za shetani yavumwe, maze uvuge uti: "A'UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM",

فَإِذَا قَرَأْتَ ٱلْقُرْءَانَ فَٱسْتَعِذْ بِٱللَّهِ مِنَ ٱلشَّيْطَٰنِ ٱلرَّجِيمِ ﴿٩٨﴾

99. Mu vy'ukuri, shetani nta bubasha ifise ku bantu bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo, bakishimikiza Imana yabo Rurema Allah, bayizeye;

إِنَّهُۥ لَيْسَ لَهُۥ سُلْطَٰنٌ عَلَى ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَلَىٰ رَبِّهِمْ يَتَوَكَّلُونَ ﴿٩٩﴾

100. Mu vy'ukuri, shetani ifise ububasha ku bantu bayigize umuhagarikizi wabo, bagaheza bakayumvira, maze muri kwa kuyumvira bakabangikanya Imana Allah.

إِنَّمَا سُلْطَٰنُهُۥ عَلَى ٱلَّذِينَ يَتَوَلَّوْنَهُۥ وَٱلَّذِينَ هُم بِهِۦ مُشْرِكُونَ ﴿١٠٠﴾

101. Iyo Twebwe Allah Dusubirije Aayah iyindi Aayah, Imana Allah na Yo Ikaba ari Yo Izi neza ibirimwo ineza ku biremwa vyayo mu mabwirizwa Imanura mu bihe bitandukanye, abagarariji baca bavuga bati: "Ni ukuri, wewe Muhamadi urabeshera Imana Allah, ukavuga ivyo Itigeze Ivuga". Ihibambewe, Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ntiyigera ibesha mu vyo ishikiriza, ahubwo rero abenshi muri bo ntibazi Imana Allah n'amabwirizwa yayo.

وَإِذَا بَدَّلْنَآ ءَايَةً مَّكَانَ ءَايَةٍ ۙ وَٱللَّهُ أَعْلَمُ بِمَا يُنَزِّلُ قَالُوٓاْ إِنَّمَآ أَنتَ مُفْتَرٍۭ ۚ بَلْ أَكْثَرُهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿١٠١﴾

[2] Ni iburagizwa riterwa no guhemuka kwanyu ku masezerano no kwisubirako mu ndahiro.
[1] Bagahemberwa igikorwa gito indishi y'igikorwa kinini.

102. Ntumwa y'Imana! Babwire ko Qor'ani, yamanuwe vy'ukuri na Mutimamutagatifu Jibrili, ivuye ku Mana yawe Rurema Allah, ku kugira iyo Qor'ani itsimbataze abemeramana, ibabere n'uburongozi n'inkuru nziza, iremeshe n'abislamu bicisha bugufi ku Mana Allah.

قُلْ نَزَّلَهُۥ رُوحُ ٱلْقُدُسِ مِن رَّبِّكَ بِٱلْحَقِّ لِيُثَبِّتَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَهُدًى وَبُشْرَىٰ لِلْمُسْلِمِينَ ﴿١٠٢﴾

103. Ni ukuri, Twebwe Allah Turazi ko ababangikanyamana bavuga bagutyoza bati: "Mu vy'ukuri, Muhamadi yigishwa Qor'ani na kiremwa-muntu". Nibateshwe bate mu kwihenda bavuga ko ururimi rwigishijwemwo Qor'ani atari urw'icarabu, mu gihe Qor'ani yamanuwe mu rurimi rutomoye rw'icarabu.

وَلَقَدْ نَعْلَمُ أَنَّهُمْ يَقُولُونَ إِنَّمَا يُعَلِّمُهُۥ بَشَرٌ ۗ لِّسَانُ ٱلَّذِى يُلْحِدُونَ إِلَيْهِ أَعْجَمِىٌّ وَهَٰذَا لِسَانٌ عَرَبِىٌّ مُّبِينٌ ﴿١٠٣﴾

104. Mu vy'ukuri abagararije mu kutemera Qor'ani, Imana Allah ntizobashoboza gutumbera ukuri, barategekanirijwe n'ibihano bibabaza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

إِنَّ ٱلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ لَا يَهْدِيهِمُ ٱللَّهُ وَلَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿١٠٤﴾

105. Mu vy'ukuri, abarementaniriza Imana Allah, ni abatemera Imana Allah n'ivyemezo vyayo, abo ni na bo babeshi ruhebwa rero[1];

إِنَّمَا يَفْتَرِى ٱلْكَذِبَ ٱلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْكَٰذِبُونَ ﴿١٠٥﴾

106. Abadohotse mu kwemera, bakatura ubugarariji inyuma y'aho bahora bemera Imana Allah, abo barakwiye gushavurirwa n'Imana Allah. Uwuhatiwe ku bugarariji akabwatura ku rurimi gusa, mu gihe umutima wiwe ugitsimbataye ku kwemera, uyo nta kabi kuri we; ahubwo akabi n'akabibi ni ku watuye ubugarariji ku rurimi abikuye ku mutima. Uyo rero ari mu bashavuriwe cane n'Imana Allah, baranategekanirijwe n'ibihano rutura;

مَن كَفَرَ بِٱللَّهِ مِنۢ بَعْدِ إِيمَٰنِهِۦٓ إِلَّا مَنْ أُكْرِهَ وَقَلْبُهُۥ مُطْمَئِنٌّۢ بِٱلْإِيمَٰنِ وَلَٰكِن مَّن شَرَحَ بِٱلْكُفْرِ صَدْرًا فَعَلَيْهِمْ غَضَبٌ مِّنَ ٱللَّهِ وَلَهُمْ عَذَابٌ عَظِيمٌ ﴿١٠٦﴾

107. Ivyo biri ukwo, kuko bahisemwo ubuzima bw'ibihendamaso vy'isi bakabuhurumbira, ha guhurumbira indishi zo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Imana Allah na Yo Ikaba Itarongora mu nzira yayo abantu b'abagarariji.

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمُ ٱسْتَحَبُّوا۟ ٱلْحَيَوٰةَ ٱلدُّنْيَا عَلَى ٱلْءَاخِرَةِ وَأَنَّ ٱللَّهَ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿١٠٧﴾

108. Abo ni bo rero, Imana Allah Yateye ikimangu c'ubugarariji ku mitima yabo ngo ntishikirwe n'umuco w'ukwemera, Irabaziba n'amatwi ngo ntibategere amabwirizwa yayo, Irabahumya n'amaso ngo ntibabone ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende. Abo, ni na bo rero bagoswe mu kutamenya ibihano bibarindiriye.

أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ طَبَعَ ٱللَّهُ عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ وَسَمْعِهِمْ وَأَبْصَٰرِهِمْ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْغَٰفِلُونَ ﴿١٠٨﴾

109. Ni ivy'ukuri ko abagarariji, ari bo bazogira agahombo nta ngere mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

لَا جَرَمَ أَنَّهُمْ فِى ٱلْءَاخِرَةِ هُمُ ٱلْخَٰسِرُونَ ﴿١٠٩﴾

[1] Nayo Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yemera ikanicisha bugufi ku Mana Allah, ni ikizira kikaziririzwa ko yobeshera Imana Allah mu gushikiriza ivyo itahishuriwe na Yo.

110. Hanyuma rero mu vy'ukuri, abahohotewe bakiri i Makka, bakageragezwa mu guhatirwa ukwatura amajambo ataroranye n'ukwemera, mu gihe imitima yabo igitsimbataye ku kwemera, mu nyuma bagahunga bakimukira i Madina, hanyuma bagaharanira idini ry'Imana Allah bakanihanganira ishira mu ngiro ry'amabwirizwa yayo, mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, inyuma y'ukwigaya kwabo Yarababababariye, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

ثُمَّ إِنَّ رَبَّكَ لِلَّذِينَ هَاجَرُواْ مِنۢ بَعۡدِ مَا فُتِنُواْ ثُمَّ جَٰهَدُواْ وَصَبَرُوٓاْ إِنَّ رَبَّكَ مِنۢ بَعۡدِهَا لَغَفُورٞ رَّحِيمٞ ١١٠

111. Ntumwa y'Imana! Ibutsa abagarariji intureka z'umusi w'umuhero w'isi, igihe umuntu uwo ari we wese azokwivugira ku gatwe kiwe yiregura, maze Imana Allah Igatunganiriza umuntu uwo ari we wese ku vyo yakoze, nta n'umwe muri bo rero azorenganywa mu kurengerezwa urugero rw'ibihano canke mu kugabanirizwa indishi.

۞يَوۡمَ تَأۡتِي كُلُّ نَفۡسٖ تُجَٰدِلُ عَن نَّفۡسِهَا وَتُوَفَّىٰ كُلُّ نَفۡسٖ مَّا عَمِلَتۡ وَهُمۡ لَا يُظۡلَمُونَ ١١١

112. Imana Allah Yarabaciriye agace k'igisagara ca Makka cari kibayeho mw'iteka n'itekane, kikaronka n'ibikibeshaho bivuye mu mihingo yose, hanyuma bene co barihakana inema z'Imana Allah mu kuyibangikanya, Imana Allah Iraheza Ibahanisha inzara no gutekerwa n'ubwoba bitewe n'ibintu bahora bakora.

وَضَرَبَ ٱللَّهُ مَثَلٗا قَرۡيَةٗ كَانَتۡ ءَامِنَةٗ مُّطۡمَئِنَّةٗ يَأۡتِيهَا رِزۡقُهَا رَغَدٗا مِّن كُلِّ مَكَانٖ فَكَفَرَتۡ بِأَنۡعُمِ ٱللَّهِ فَأَذَٰقَهَا ٱللَّهُ لِبَاسَ ٱلۡجُوعِ وَٱلۡخَوۡفِ بِمَا كَانُواْ يَصۡنَعُونَ ١١٢

113. Ni ukuri barashikiriwe n'Intumwa ivuye muri bo, ari yo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), maze barayihakana ntibemera ukuri yabazaniye, Imana Allah Ica Irabahana, bakaba bari birenganije mu kubangikanya Imana Allah no kuburagiza abantu kwinjira mw'idini ryayo;

وَلَقَدۡ جَآءَهُمۡ رَسُولٞ مِّنۡهُمۡ فَكَذَّبُوهُ فَأَخَذَهُمُ ٱلۡعَذَابُ وَهُمۡ ظَٰلِمُونَ ١١٣

114. Bemeramana! Nimufungure mu vyiza birekuwe, Imana Allah Yabahaye, muheze mushime inema z'Imana Allah mu kuyigamburukira nimwaba koko ari Yo mwiyegereza mu vyo mukora vyose.

فَكُلُواْ مِمَّا رَزَقَكُمُ ٱللَّهُ حَلَٰلٗا طَيِّبٗا وَٱشۡكُرُواْ نِعۡمَتَ ٱللَّهِ إِن كُنتُمۡ إِيَّاهُ تَعۡبُدُونَ ١١٤

115. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yazirirje kuri mwebwe kurya intumvyi mu bitungwa, ikiremve (ubuseri), inyama y'ingurube n'igitungwa cabagiwe ikitari Imana Allah. Ariko uwuzohakwa kwicwa n'inzara, agafungura kuri ivyo bizirirjwe, mu gihe atokwirenganya mu kurengera ku bitarekuwe, canke mu kurenza urugero rwo kwivuna inzara, uyo rero nta kabi kuri we, kuko mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِنَّمَا حَرَّمَ عَلَيۡكُمُ ٱلۡمَيۡتَةَ وَٱلدَّمَ وَلَحۡمَ ٱلۡخِنزِيرِ وَمَآ أُهِلَّ لِغَيۡرِ ٱللَّهِ بِهِۦۖ فَمَنِ ٱضۡطُرَّ غَيۡرَ بَاغٖ وَلَا عَادٖ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ١١٥

116. Babangikanyamana! Ntimukabeshere Imana Allah mu kuvuga ko iki kirekuwe kandi Yarakiziririje; no mu kuvuga ko kiriya kizira kandi Yarakirekuye, ivyo mukabivuga kugira murementanirize Imana Allah. Mu

وَلَا تَقُولُواْ لِمَا تَصِفُ أَلۡسِنَتُكُمُ ٱلۡكَذِبَ هَٰذَا حَلَٰلٞ وَهَٰذَا حَرَامٞ لِّتَفۡتَرُواْ عَلَى ٱللَّهِ

vy'ukuri, abarementaniriza Imana Allah ko Yarekuye ikizira canke Yaziririje ikirekuwe, ntibazokwigera bashika ku ntsinzi y'ivyo bipfuza kw'isi eka no mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

ٱلْكَذِبَۚ إِنَّ ٱلَّذِينَ يَفْتَرُونَ عَلَى ٱللَّهِ ٱلْكَذِبَ لَا يُفْلِحُونَ ﴿١١٦﴾

117. Baryoherwa akanya gato gusa n'ubuzima bwo kw'isi, baranategekanirijwe n'ibihano bibabaza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

مَتَٰعٌ قَلِيلٌ وَلَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿١١٧﴾

118. Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah Twaranaziriye ku bayahudi gusa ivyo Twamaze kukudondagurira[1], ntitwigeze rero Tubarenganya namba muri iryo ziririza, ariko ni bo birenganije mu bugarariji, maze Tubahanisha iryo ziririza.

وَعَلَى ٱلَّذِينَ هَادُواْ حَرَّمْنَا مَا قَصَصْنَا عَلَيْكَ مِن قَبْلُۖ وَمَا ظَلَمْنَٰهُمْ وَلَٰكِن كَانُوٓاْ أَنفُسَهُمْ يَظْلِمُونَ ﴿١١٨﴾

119. Hanyuma rero, mu vy'ukuri abacumuye ku kutamenya inkurikizi y'ukwo gucumura, mu nyuma bakigaya ibicumuro vyabo, maze bakikebuka bakanatunganya ibikorwa vyiza bitegetswe, mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, inyuma y'ukwigaya kwabo, Irabababarira, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

ثُمَّ إِنَّ رَبَّكَ لِلَّذِينَ عَمِلُواْ ٱلسُّوٓءَ بِجَهَٰلَةٍ ثُمَّ تَابُواْ مِنۢ بَعْدِ ذَٰلِكَ وَأَصْلَحُوٓاْ إِنَّ رَبَّكَ مِنۢ بَعْدِهَا لَغَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿١١٩﴾

120. Mu vy'ukuri, Ibrahimu yari indongozi mu bugwaneza vy'ukuri[2], agamburukira Imana Allah, asenga Imana Imwe Rudende Allah yicishije bugufi, kira noneho Ibrahimu ntiyari no mu babangikanyamana;

إِنَّ إِبْرَٰهِيمَ كَانَ أُمَّةً قَانِتًا لِّلَّهِ حَنِيفًا وَلَمْ يَكُ مِنَ ٱلْمُشْرِكِينَ ﴿١٢٠﴾

121. Yarashima inema Imana Allah Yamuhaye. Imana Allah Yamutoye kuba Intumwa, Iraheza Iramurongora mu nzira igorororotse y'ubwislamu;

شَاكِرًا لِّأَنْعُمِهِۚ ٱجْتَبَىٰهُ وَهَدَىٰهُ إِلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿١٢١﴾

122. Twaranamuhaye Twebwe Allah kw'isi, inema yo kuyagwa neza n'abantu, akabera akarorero keza n'abarutse mu nyuma, no kuronswa ikibondo ageze mu za bukuru. Mu vy'ukuri, Ibrahimu ari mu bantu b'aberanda bubashwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَءَاتَيْنَٰهُ فِى ٱلدُّنْيَا حَسَنَةًۖ وَإِنَّهُۥ فِى ٱلْءَاخِرَةِ لَمِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿١٢٢﴾

123. Ntumwa y'Imana! Mu nyuma, ni ho rero Twebwe Allah Twaguhishurira ko ukurikira akaranga-mutima k'idini rya Ibrahimu ry'ubwislamu rishingiye ku kwemera-ndemanwa, yasenga Imana Imwe Rudende Allah, kira noneho Ibrahimu ntiyari no mu babangikanyamana.

ثُمَّ أَوْحَيْنَآ إِلَيْكَ أَنِ ٱتَّبِعْ مِلَّةَ إِبْرَٰهِيمَ حَنِيفًاۖ وَمَا كَانَ مِنَ ٱلْمُشْرِكِينَ ﴿١٢٣﴾

124. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yashingiye abayahudi umusi w'isabato kugira ube umusi wo gusenga, ni na wo musi bahazanyeko n'Abavugishwamana barungikiwe, maze barawihitiramwo ubwabo, ha guhitamwo umusi

إِنَّمَا جُعِلَ ٱلسَّبْتُ عَلَى ٱلَّذِينَ ٱخْتَلَفُواْ فِيهِۚ وَإِنَّ رَبَّكَ لَيَحْكُمُ بَيْنَهُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ فِيمَا كَانُواْ فِيهِ يَخْتَلِفُونَ ﴿١٢٤﴾

[2] Ivyaziririjwe ku bayahudi, ni ico ari co cose mu bikoko gifise ibinono bidasatuye, ibinure vy'inka canke intungwa, kiretse ibinure bisanzwe biri mu nyama canke umusokoro uri mu magufa.

[1] Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yari indongozi ingana umugwi w'abantu mu kudatirigana ku kuri.

w'ijuma (wa gatanu) bari bategetswe kwubaha no kwubahiriza. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, Izobacira urugororotse ku musi w'izuka ku vyo bahazanyeko n'Abavugishwamana barungikiwe, Iheze Ibahembere ivyo bakoze.

125. Ntumwa y'Imana! Hamagarira abantu mu nzira yo kwemera Imana yawe Rurema Allah, mu bwitonzi n'ubukerebutsi nta ngere, n'impanuro mu majambo meza abereye, yotuma bahurumbira ukuri, maze uganire na bo muhanahana mu rupfasoni. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Izi neza na neza uwahuvye inzira yayo, ni na Yo Izi neza na neza abagororotsi.

ٱدۡعُ إِلَىٰ سَبِيلِ رَبِّكَ بِٱلۡحِكۡمَةِ وَٱلۡمَوۡعِظَةِ ٱلۡحَسَنَةِۖ وَجَٰدِلۡهُم بِٱلَّتِي هِيَ أَحۡسَنُۚ إِنَّ رَبَّكَ هُوَ أَعۡلَمُ بِمَن ضَلَّ عَن سَبِيلِهِۦ وَهُوَ أَعۡلَمُ بِٱلۡمُهۡتَدِينَ ١٢٥

126. Bemeramana! Nimwashaka kwihora uwabahohoteye, murihora mutarengeje urugezo rw'ihohoterwa mwagiriwe; nimwaramuka mwihanganiye ukutihora, ni ukuri bizoba ari vyo vyiza cane ku bihanganye mu kwerekana ubutore kw'isi, no mu kuronka impembo nta ngere mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَإِنۡ عَاقَبۡتُمۡ فَعَاقِبُواْ بِمِثۡلِ مَا عُوقِبۡتُم بِهِۦۖ وَلَئِن صَبَرۡتُمۡ لَهُوَ خَيۡرٞ لِّلصَّٰبِرِينَ ١٢٦

127. Ntumwa y'Imana! Urihanganira rero abakugeramira kugera ushike ku ntsinzi wasezeraniwe n'Imana Allah, burya ukwihangana kwawe ni ku bw'Imana Allah, kandi ntukicwe n'intuntu y'ukudashoka wumvirwa, eka ntukicwe n'agahinda gatewe n'imitego bagutega.

وَٱصۡبِرۡ وَمَا صَبۡرُكَ إِلَّا بِٱللَّهِۚ وَلَا تَحۡزَنۡ عَلَيۡهِمۡ وَلَا تَكُ فِي ضَيۡقٖ مِّمَّا يَمۡكُرُونَ ١٢٧

128. Mu vy'ukuri Imana Allah, Iri kumwe[1] n'abayitinya mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, hamwe n'abagwaneza mw'ishira mu ngiro ry'ivyo Ibategetse.

إِنَّ ٱللَّهَ مَعَ ٱلَّذِينَ ٱتَّقَواْ وَّٱلَّذِينَ هُم مُّحۡسِنُونَ ١٢٨

17. Al-Israa-i (Urugendo rw'ijoro)
Aayah 111, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Nihaninahazwe Imana Allah Yateye iteka Umuja wayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Ikamujana ku rugendo rw'ijoro, Imukuye ku musigiti mutagatifu uri i Makka Ikamushikana ku musigiti Al-Aqswa uri mu gisagara ca Bayti l-Maqdis, ahantu Twebwe Allah Twahezagije imirima y'ibiterwa n'ivyamwa bihakikuje, no kuba amamuko ya benshi mu Bavugishwamana, n'ibindi. Twamujanyeyo rero kugira yibonere ukuri kwamye ivyemezo n'ibitangaro vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenukubona, Irabona neza ivyo mukora.

سُبۡحَٰنَ ٱلَّذِيٓ أَسۡرَىٰ بِعَبۡدِهِۦ لَيۡلٗا مِّنَ ٱلۡمَسۡجِدِ ٱلۡحَرَامِ إِلَى ٱلۡمَسۡجِدِ ٱلۡأَقۡصَا ٱلَّذِي بَٰرَكۡنَا حَوۡلَهُۥ لِنُرِيَهُۥ مِنۡ ءَايَٰتِنَآۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلۡبَصِيرُ ١

[1] Imana Allah Iri kumwe na bo, mu kubatera intege n'inkunga no mu kubatabara.

2. Musa na we nyene Twamuteye iteka ryo kumuha Igitabu ca Tawurati, maze nya Gitabu Tukigira uburongozi kuri Bene Israyeli, aho Twababwirije Duti: “Ntimukagire umuntu n’umwe umuhagarikizi wanyu mu gishingo canje Jewe Allah”.

وَءَاتَيْنَا مُوسَى ٱلْكِتَٰبَ وَجَعَلْنَٰهُ هُدًى لِّبَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ أَلَّا تَتَّخِذُوا۟ مِن دُونِى وَكِيلًا ۝٢

3. Bantu mukomoka ku bo Twarokoye Tukabatwara mu bwato hamwe na Nuhu (nyakugira amahoro y’Imana Allah)! Nimwisunge rero akarorero ka Nuhu (nyakugira amahoro y’Imana Allah) mu gushimira Imana Allah no mu kutayibangikanya n’ikintu na kimwe. Mu vy’ukuri Nuhu (nyakugira amahoro y’Imana Allah), yari Umuja w’Imana Allah ashima koko inema zayo.

ذُرِّيَّةَ مَنْ حَمَلْنَا مَعَ نُوحٍ ۚ إِنَّهُۥ كَانَ عَبْدًا شَكُورًا ۝٣

4. Muri nya Gitabu ca Tawurati, Twarabwiye Bene Israyeli Duti: “Bitebe bitebuke muzogenzwa n’ubwononyi mu gisagara ca Bayti l-Maqdis incuro zibiri, kandi muzokwiganza mube iciro ry’umugani mu kurenganya no kwica Abavugishwamana;

وَقَضَيْنَآ إِلَىٰ بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ فِى ٱلْكِتَٰبِ لَتُفْسِدُنَّ فِى ٱلْأَرْضِ مَرَّتَيْنِ وَلَتَعْلُنَّ عُلُوًّا كَبِيرًا ۝٤

5. Igihe rero mwagenjejwe n’ubwononyi ku ncuro ya mbere, Tuzobateza abaja bacu b’intwari ku rugamba, badatinya rukamvye, baheze babice, babangaze. Iryo sango rero ritegerezwa gushika nta kibuza;

فَإِذَا جَآءَ وَعْدُ أُولَىٰهُمَا بَعَثْنَا عَلَيْكُمْ عِبَادًا لَّنَآ أُو۟لِى بَأْسٍ شَدِيدٍ فَجَاسُوا۟ خِلَٰلَ ٱلدِّيَارِ ۚ وَكَانَ وَعْدًا مَّفْعُولًا ۝٥

6. Hanyuma nimwicisha bugufi, Tuzosubira Tubahe intsinzi mwiganzure, Duheze Tubahe ibibondo n’amatungo, Tubahe no kurondoka cane mugwirirane gusumba abandi bantu;

ثُمَّ رَدَدْنَا لَكُمُ ٱلْكَرَّةَ عَلَيْهِمْ وَأَمْدَدْنَٰكُم بِأَمْوَٰلٍ وَبَنِينَ وَجَعَلْنَٰكُمْ أَكْثَرَ نَفِيرًا ۝٦

7. Nimwarangwa n’ubugwaneza mu vyo mukora no mu vyo muvuga, ubwo bugwaneza buzoba ari ku neza yanyu, muzobuhemberwa. Nimwagenzwa n’ubwononyi naho, inkurikizi za nya bwononyi zizobagarukako, mubihanirwe. Igihe rero mwagenjejwe n’ubwononyi ku ncuro ya kabiri, Tuzobateza kandi abansi banyu kugira babaneshe bongere banabasuzuguze, baheze binjire no mu gisagara ca Bayti l-Maqdis bagisambure nk’uko bagisambuye ubwa mbere, banasenyure n’ico bahuye cose;

إِنْ أَحْسَنتُمْ أَحْسَنتُمْ لِأَنفُسِكُمْ ۖ وَإِنْ أَسَأْتُمْ فَلَهَا ۚ فَإِذَا جَآءَ وَعْدُ ٱلْءَاخِرَةِ لِيَسُۥٓـُٔوا۟ وُجُوهَكُمْ وَلِيَدْخُلُوا۟ ٱلْمَسْجِدَ كَمَا دَخَلُوهُ أَوَّلَ مَرَّةٍ وَلِيُتَبِّرُوا۟ مَا عَلَوْا تَتْبِيرًا ۝٧

8. Hari n’aho rero Imana yanyu Rurema Allah Yobagirira impuhwe mu gihe mwokwigaya mukisubirako. Nimwaramuka musubiriye kandi kugenzwa n’ubwononyi n’akarenganyo, na Twebwe Allah Tuzosubira Tubahane, Tubasuzuguze. Burya umuriro wa Jahannamu, Twawugeneye kuba ibohero ry’abagarariji[1]”.

عَسَىٰ رَبُّكُمْ أَن يَرْحَمَكُمْ ۚ وَإِنْ عُدتُّمْ عُدْنَا ۘ وَجَعَلْنَا جَهَنَّمَ لِلْكَٰفِرِينَ حَصِيرًا ۝٨

[1] Muri Aayah ya 5 gushika ku ya 8, Imana Allah Irihaniza abantu barungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), ko bogenzwa n’akarenganyo n’ubwononyi, kuko mu gihe bogenzwa n’akarenganyo n’ubwononyi bohanwa nk’uko Bene Israyeli bahanwe.

9. Mu vy'ukuri iyi Qor'ani, irongora abantu mu nzira igororotse koko y'ubwislamu, igaha inkuru nziza ihumuriza abemeramana bakora ivyiza bitegetswe, ko bategekanirijwe impera nta ngere;

إِنَّ هَٰذَا ٱلْقُرْءَانَ يَهْدِى لِلَّتِى هِىَ أَقْوَمُ وَيُبَشِّرُ ٱلْمُؤْمِنِينَ ٱلَّذِينَ يَعْمَلُونَ ٱلصَّٰلِحَٰتِ أَنَّ لَهُمْ أَجْرًا كَبِيرًا ﴿٩﴾

10. Ikanagabisha abatemera ko hariho ubuzima bw'inyuma yo gupfa, ko bategekanirijwe ibihano bibabaza.

وَأَنَّ ٱلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ بِٱلْءَاخِرَةِ أَعْتَدْنَا لَهُمْ عَذَابًا أَلِيمًا ﴿١٠﴾

11. Umuntu iyo atwawe n'agashavu, hari igihe yihutira kwisabira inabi, agasabira inabi n'abana hamwe n'amatungo vyiwe, nka kurya yisabira iciza, maze Imana Allah ku mpuhwe zayo, Igaheza Ikamwakirira gusa igisabisho yisabiramwo iciza, kuko burya umuntu yama yisabira inabi ku kwihuta no ku kutamenya.

وَيَدْعُ ٱلْإِنسَٰنُ بِٱلشَّرِّ دُعَآءَهُۥ بِٱلْخَيْرِ ۖ وَكَانَ ٱلْإِنسَٰنُ عَجُولًا ﴿١١﴾

12. Ijoro n'umurango Twabigize ibimenyetso bibiri vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, Turaheza Tuzimya ku murango ikimenyetso c'ijoro c'ukwezi kwaka mw'ijoro, maze Dutuma ikimenyetso c'umurango c'izuba, kimurika ku murango kugira murondere icorirenza mu mpano z'Imana yanyu Rurema Allah, mw'ijoro naho muheze muruhuke, no kugira kandi mushobore kumenya igena ry'imyaka n'igitigiri c'amezi n'imisi[1]. Burya ikintu ico ari co cose Twaragitomoye bikwiye.

وَجَعَلْنَا ٱلَّيْلَ وَٱلنَّهَارَ ءَايَتَيْنِ ۖ فَمَحَوْنَآ ءَايَةَ ٱلَّيْلِ وَجَعَلْنَآ ءَايَةَ ٱلنَّهَارِ مُبْصِرَةً لِّتَبْتَغُوا۟ فَضْلًا مِّن رَّبِّكُمْ وَلِتَعْلَمُوا۟ عَدَدَ ٱلسِّنِينَ وَٱلْحِسَابَ ۚ وَكُلَّ شَىْءٍ فَصَّلْنَٰهُ تَفْصِيلًا ﴿١٢﴾

13. Umuntu uwo ari we wese rero, ivyo akora biri ku gatwe kiwe[2]. Ku musi w'izuka Twebwe Allah, Tuzomuhereza igitabu canditswemwo ivyo yakoze vyose, avyirabire;

وَكُلَّ إِنسَٰنٍ أَلْزَمْنَٰهُ طَٰٓئِرَهُۥ فِى عُنُقِهِۦ ۖ وَنُخْرِجُ لَهُۥ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ كِتَٰبًا يَلْقَىٰهُ مَنشُورًا ﴿١٣﴾

14. Azobwirwa ati: "Isomere igitabu canditswemwo ibikorwa vyawe[3], uno musi ni wewe nyene ukwiye kwimenyera ido n'ido ivyo wakoze, uheze umenye n'impembo yawe ubwawe nyene".

ٱقْرَأْ كِتَٰبَكَ كَفَىٰ بِنَفْسِكَ ٱلْيَوْمَ عَلَيْكَ حَسِيبًا ﴿١٤﴾

15. Uwuzoba rero umugororotsi yaragamburukiye Imana Allah, azoheza ahembwe ivyiza ku bugororotsi bwiwe. Nayo uwuzohuba, akagabitaniriza Imana Allah, azoheza ahembwe ibibi ku buhuvyi bwiwe. Nta muntu n'umwe rero azohanirwa icaha ca mugenziwe. Kandi Twebwe Allah, ntitwigeze Duhanira abantu ivyaha bakoze, Tutabanje kubarungikira Intumwa ibashikiriza ubutumwa bwacu.

مَّنِ ٱهْتَدَىٰ فَإِنَّمَا يَهْتَدِى لِنَفْسِهِۦ ۖ وَمَن ضَلَّ فَإِنَّمَا يَضِلُّ عَلَيْهَا ۚ وَلَا تَزِرُ وَازِرَةٌ وِزْرَ أُخْرَىٰ ۗ وَمَا كُنَّا مُعَذِّبِينَ حَتَّىٰ نَبْعَثَ رَسُولًا ﴿١٥﴾

[1] Mwisunze ibisikanya n'ikurakuranwa ry'ijoro n'umurango.
[2] Umuntu ntazohanirwa ibikorwa vya mugenziwe, eka nta n'uwuzohemberwa ibikorwa vya mugenziwe.
[3] Umuntu rero azoshobora kwisomera ivyanditswe mu gitabu ciwe, n'aho yoba atigeze amenya gusoma no kwandika akiri kw'isi.

16. Iyo rero Twebwe Allah Dushatse guhonya abantu bo mu gacimbiri ako ari ko kose ku kwirenganya kwabo, Tubanza kubwiriza na canecane abatewe iteka muri bo, ko bogamburuka bakanemera Imana Allah n'Intumwa yayo, maze bakarenga ku mabwirizwa yacu bayazi, gutyo bikaba ngombwa ko bahanwa ata gisivya, Tugaca Tubahonya nya guhonya.

وَإِذَآ أَرَدْنَآ أَن نُّهْلِكَ قَرْيَةً أَمَرْنَا مُتْرَفِيهَا فَفَسَقُوا۟ فِيهَا فَحَقَّ عَلَيْهَا ٱلْقَوْلُ فَدَمَّرْنَٰهَا تَدْمِيرًا ﴿١٦﴾

17. Hariho imigwi myinshi y'abantu Twahoneje rero, kuko yagararije Intumwa yarungikiwe inyuma y'irungikwa rya Nuhu. Burya Imana yawe Rurema Allah, Irakwiye kuba Muhetuziwavyose, Nyenukubona, Irazi neza ivyaha bikorwa n'abaja bayo, nta na kimwe Iyobewe.

وَكَمْ أَهْلَكْنَا مِنَ ٱلْقُرُونِ مِنۢ بَعْدِ نُوحٍ ۗ وَكَفَىٰ بِرَبِّكَ بِذُنُوبِ عِبَادِهِۦ خَبِيرًۢا بَصِيرًا ﴿١٧﴾

18. Uwo wese rero yipfuza kuronka ibihendamaso vy'isi akabihurumbira, ha guhurumbira ibizomufasha mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Tuzoheza Turonse Twebwe Allah uwo Dushatse mu biremwa akiri kw'isi, ivyo Dushaka mu vyo Twamugeneye mu vyagezwe, hanyuma Tumutegekanirize umuriro wa Jahannamu azokwinjiramwo afitiwe umwikomo, akwiye ivumwe ry'Imana Allah.

مَّن كَانَ يُرِيدُ ٱلْعَاجِلَةَ عَجَّلْنَا لَهُۥ فِيهَا مَا نَشَآءُ لِمَن نُّرِيدُ ثُمَّ جَعَلْنَا لَهُۥ جَهَنَّمَ يَصْلَىٰهَا مَذْمُومًا مَّدْحُورًا ﴿١٨﴾

19. Nayo uwushaka guhemberwa ivyo yakoze mu buzima bw'inyuma yo gupfa, maze agahurumbira igamburukiramana, yemera Imana Allah, yizeye n'indishi kuri Yo, uyo ari mu bakirirwa ibikorwa vyabo, bakazonashimirwa n'Imana Allah.

وَمَنْ أَرَادَ ٱلْءَاخِرَةَ وَسَعَىٰ لَهَا سَعْيَهَا وَهُوَ مُؤْمِنٌ فَأُو۟لَٰٓئِكَ كَانَ سَعْيُهُم مَّشْكُورًا ﴿١٩﴾

20. Umugwi umwe wose rero muri iyo migwi ibiri; waba uw'abipfuza bagahurumbira ibihendamaso vy'isi, canke uw'abahurumbira indishi yo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Twebwe Allah Tuwuronsa ibiwubeshaho kw'isi mu mpano zacu, burya impano z'Imana yawe Rurema Allah, kw'isi nta n'umwe yimiriwe kuzironkako.

كُلًّا نُّمِدُّ هَٰٓؤُلَآءِ وَهَٰٓؤُلَآءِ مِنْ عَطَآءِ رَبِّكَ ۚ وَمَا كَانَ عَطَآءُ رَبِّكَ مَحْظُورًا ﴿٢٠﴾

21. Ntumwa y'Imana! Ehe raba rero ukuntu Twebwe Allah, Twahaye bamwe mu bantu Tubasumbanisha mu bibabeshaho hamwe no mu bikorwa bashoboye. Ni ukuri, ubuzima bw'inyuma yo gupfa ku bemeramana, ni bwo bw'icubahiro muri vyose gusumba ubwo kw'isi.

ٱنظُرْ كَيْفَ فَضَّلْنَا بَعْضَهُمْ عَلَىٰ بَعْضٍ ۚ وَلَلْءَاخِرَةُ أَكْبَرُ دَرَجَٰتٍ وَأَكْبَرُ تَفْضِيلًا ﴿٢١﴾

22. Muntu! Ntukabangikanye Imana Allah n'iyindi mana, ngo wisange utewe ivyatsi n'Imana Allah, wongere unagirirwe n'umwikomo na Yo maze uteterwe.

لَّا تَجْعَلْ مَعَ ٱللَّهِ إِلَٰهًا ءَاخَرَ فَتَقْعُدَ مَذْمُومًا مَّخْذُولًا ﴿٢٢﴾

23. Muntu! Imana yawe Rurema Allah, Yabwirije ko hatokwiyegerezwa mu bikorwa no mu gusenga ikintu na kimwe kiretse Yo gusa, n'uko hubahwa hakubahirizwa n'abavyeyi mu bugwaneza, na canecane bageze mu za bukuru. Nihagira rero umwe muri bo ashika mu za bukuru canke bompi, ntukabashireko isoni mu ngiro canke mu

۞ وَقَضَىٰ رَبُّكَ أَلَّا تَعْبُدُوٓا۟ إِلَّآ إِيَّاهُ وَبِٱلْوَٰلِدَيْنِ إِحْسَٰنًا ۚ إِمَّا يَبْلُغَنَّ عِندَكَ ٱلْكِبَرَ أَحَدُهُمَآ أَوْ كِلَاهُمَا فَلَا تَقُل لَّهُمَآ

mvugo, n'aho kwoba ari ukubimyoza gusa; ntukanabakankamire na rimwe, ahubwo uraheza ubabwire amajambo meza mu rupfasoni;

أُفٍّ وَلَا تَنْهَرْهُمَا وَقُل لَّهُمَا قَوْلًا كَرِيمًا ﴿٢٣﴾

24. Uheze wicishe bugufi kuri bo mu kubumvira impuhwe, wongere ubasabire uvuga uti: "Mana yanje Rurema Allah! Girira impuhwe nta ngere abavyeyi banje, nk'uko banyihanganiye bakandera nkiri muto".

وَٱخْفِضْ لَهُمَا جَنَاحَ ٱلذُّلِّ مِنَ ٱلرَّحْمَةِ وَقُل رَّبِّ ٱرْحَمْهُمَا كَمَا رَبَّيَانِى صَغِيرًا ﴿٢٤﴾

25. Bantu! Burya Imana yanyu Rurema Allah, Irazi neza ivyo muhishije mu mishaha yanyu; vyaba ivyiza canke ibibi. Nimwaba aberanda rero mu vyo mukora mushaka gushimisha Imana Allah, mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya[1], Izobagirira ikigongwe.

رَّبُّكُمْ أَعْلَمُ بِمَا فِى نُفُوسِكُمْ ۚ إِن تَكُونُوا۟ صَٰلِحِينَ فَإِنَّهُۥ كَانَ لِلْأَوَّٰبِينَ غَفُورًا ﴿٢٥﴾

26. Muntu! Urubaha wubahirize agateka k'umuvandimwe wawe mu kumuhereza imperezwa ku bugwaneza, wongere uhe n'umukene atagira shinge na rugero, n'uwuri ku rugendo yakehaniwe n'ikimushikana iyo aroye, kandi ntugatange mu bitarekuwe canke mu buryo bw'isesagura ry'ubutunzi;

وَءَاتِ ذَا ٱلْقُرْبَىٰ حَقَّهُۥ وَٱلْمِسْكِينَ وَٱبْنَ ٱلسَّبِيلِ وَلَا تُبَذِّرْ تَبْذِيرًا ﴿٢٦﴾

27. Mu vy'ukuri, abatanga mu bitarekuwe canke mu buryo bw'isesagura ry'ubutunzi, ni incuti za shetani mu gukwiragiza ubwononyi n'ivyaha; burya shetani yamye ari umugarariji karuhariwe w'inema z'Imana yayo Rurema Allah;

إِنَّ ٱلْمُبَذِّرِينَ كَانُوٓا۟ إِخْوَٰنَ ٱلشَّيَٰطِينِ ۖ وَكَانَ ٱلشَّيْطَٰنُ لِرَبِّهِۦ كَفُورًا ﴿٢٧﴾

28. Niwirengagiza guha imperezwa abayigenewe, ku mvo zo kutagira ico wobaha, uzeye kuzoronka ico wobahako ku mpuhwe z'Imana yawe Rurema Allah, uraheza ubabwire akajambo keza k'ituze kabaremesha ko niwaronka uzobaha;

وَإِمَّا تُعْرِضَنَّ عَنْهُمُ ٱبْتِغَآءَ رَحْمَةٍ مِّن رَّبِّكَ تَرْجُوهَا فَقُل لَّهُمْ قَوْلًا مَّيْسُورًا ﴿٢٨﴾

29. Ntukabe rero ingumyi mu kudatanga mu bikorwa vy'igamburukiramana[2]; kandi ntugasesagure mu gutanga gushika n'aho utanga ibirengeye ubushobozi bwawe, maze ugatangura gutanako imiragwe n'abantu bakakunebagura, ugatangura kwicuza kw'isesagurwa ry'ubutunzi bwawe.

وَلَا تَجْعَلْ يَدَكَ مَغْلُولَةً إِلَىٰ عُنُقِكَ وَلَا تَبْسُطْهَا كُلَّ ٱلْبَسْطِ فَتَقْعُدَ مَلُومًا مَّحْسُورًا ﴿٢٩﴾

30. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, Iha uwo Ishatse umusesekara gusumba abandi mu bibeshaho ibiremwa, Ikagerera muri vyo uwo Ishatse. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Muhetuziwavyose, Nyenukubona, Irazi neza ibikorwa vy'abaja bayo, nta na kimwe Iyobewe.

إِنَّ رَبَّكَ يَبْسُطُ ٱلرِّزْقَ لِمَن يَشَآءُ وَيَقْدِرُ ۚ إِنَّهُۥ كَانَ بِعِبَادِهِۦ خَبِيرًۢا بَصِيرًا ﴿٣٠﴾

31. Bantu! Ntimukice abana banyu ku mvo zo gutinya ko mwokena. Ni Twebwe Allah Tuzobabeshaho nk'uko na mwe Tubabeshejeho.

وَلَا تَقْتُلُوٓا۟ أَوْلَٰدَكُمْ خَشْيَةَ إِمْلَٰقٍ ۖ نَّحْنُ نَرْزُقُهُمْ وَإِيَّاكُمْ ۚ

[1] Iyo Imana Allah Iravye mu mushaha w'umuntu Ikabona ukwigaya vy'ukuri, Iraheza Ikamubabarira ibicumuro n'ivyaha vyiwe yakoze ku bubegito ndemanwa bwiwe.

[2] Nko gusumira umuryango no gufasha aboro n'abakene batagira shinge na rugero, n'ibindi.

Mu vy'ukuri, ukwica abana ku mvo zo gutinya gukena, ni icaha rutura;

إِنَّ قَتْلَهُمْ كَانَ خِطْـًٔا كَبِيرًا ﴿٣١﴾

32. Ntimukegere na gato ivyotuma mugwa mu busambanyi. Mu vy'ukuri ugusambana, ni icaha c'agahomerabunwa, ni n'inzira mbi itabereye namba;

وَلَا تَقْرَبُوا۟ ٱلزِّنَىٰٓ إِنَّهُۥ كَانَ فَـٰحِشَةً وَسَآءَ سَبِيلًا ﴿٣٢﴾

33. Kandi ntimukice umuntu Imana Allah Yaziririje ko yicwa, kiretse mu gihe hubahirijwe vy'ukuri ingingo yo kwica[1]. Uwishwe rero ku karenganyo, umuhagarikizi wiwe[2] Twebwe Allah Twaramuhaye ububasha bwo gusaba ubutungane ko uwamwiciye yokwicwa canke agatanga inshumbusho, kandi rero ntarekuriwe na gato kurenga ku ngingo yo kwihora ngo hicwe babiri canke barenga ku kwihorera iyicwa ry'umuntu umwe, canke ngo uwishe yicwe urw'agashinyaguro; mu vy'ukuri umuhagarikizi w'uwishwe, Imana Allah Izomutera intege gushika yihorere uwishwe;

وَلَا تَقْتُلُوا۟ ٱلنَّفْسَ ٱلَّتِى حَرَّمَ ٱللَّهُ إِلَّا بِٱلْحَقِّ ۗ وَمَن قُتِلَ مَظْلُومًا فَقَدْ جَعَلْنَا لِوَلِيِّهِۦ سُلْطَـٰنًا فَلَا يُسْرِف فِّى ٱلْقَتْلِ ۖ إِنَّهُۥ كَانَ مَنصُورًا ﴿٣٣﴾

34. Vyongeye, ntimugatandukire amatungo y'impfuvyi mureze ngo muyakoreshe mu kuyigurana, kiretse mu bintu nkenerwa ku neza[3] ya nya mpfuvyi gushika igere mu bigero, ishobore no kumenya gukoresha nya matungo. Muraheza mwubahirize kandi n'isezerano mwemeye ryo kurera nya mpfuvyi no kuyicungerera amatungo yayo. Mu vy'ukuri, umuntu azobazwa n'Imana Allah ku musi w'izuka ko yubahirije isezerano, Iheze Imuhere niyaryubahiriza, canke Imuhane niyahemuka akaridohokako.

وَلَا تَقْرَبُوا۟ مَالَ ٱلْيَتِيمِ إِلَّا بِٱلَّتِى هِىَ أَحْسَنُ حَتَّىٰ يَبْلُغَ أَشُدَّهُۥ ۚ وَأَوْفُوا۟ بِٱلْعَهْدِ ۖ إِنَّ ٱلْعَهْدَ كَانَ مَسْـُٔولًا ﴿٣٤﴾

35. Nimukwize ingero nimwagerera abantu, mukwize neza n'ivyo mubagerera ku munzani. Ugutunganiriza abantu ku ngero canke ku munzani, ni vyo vyiza kuri mwebwe kw'isi, ni na vyo muzohemberwa indishi ishemeye mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَأَوْفُوا۟ ٱلْكَيْلَ إِذَا كِلْتُمْ وَزِنُوا۟ بِٱلْقِسْطَاسِ ٱلْمُسْتَقِيمِ ۚ ذَٰلِكَ خَيْرٌ وَأَحْسَنُ تَأْوِيلًا ﴿٣٥﴾

36. Muntu! Ntukihe gushira mu ngiro canke guhagarikira ivyo udafitiye ubumenyi. Mu vy'ukuri, umuntu azobazwa kw'ikoreshwa ry'amatwi, amaso n'umushaha. Niyakoresha rero ivyo bihimba ku neza, azoheza abihemberwe iciza; niyabikoresha naho ku nabi, azoheza abihemberwe ikibi;

وَلَا تَقْفُ مَا لَيْسَ لَكَ بِهِۦ عِلْمٌ ۚ إِنَّ ٱلسَّمْعَ وَٱلْبَصَرَ وَٱلْفُؤَادَ كُلُّ أُو۟لَـٰٓئِكَ كَانَ عَنْهُ مَسْـُٔولًا ﴿٣٦﴾

37. Ntukagendagende n'amanyama n'ubwishime kw'isi, wewe mu vy'ukuri ntuzopfa utoboye isi ku manyama yawe; n'ubwishime bwawe kandi ntibuzotuma ungana n'umusozi mu burebure.

وَلَا تَمْشِ فِى ٱلْأَرْضِ مَرَحًا ۖ إِنَّكَ لَن تَخْرِقَ ٱلْأَرْضَ وَلَن تَبْلُغَ ٱلْجِبَالَ طُولًا ﴿٣٧﴾

---

[1] Nk'ingingo yo kwica uwishe, canke uwudohotse ku kwemera akava mu bwislamu "murtaddi", canke uwusambanye yari yubatse urwiwe agaterwa amabuye gushika apfe.

[2] Umuhagarikizi arekuriwe gusaba ubutungane ko bwubahiriza ingingo yo kwihorera uwishwe. Umuhagarikizi arashobora kuba ari umwe mu basigwa biwe batorana, canke akaba mu ndongozi.

[3] Nko kuyakoresha mu bikorwa vyo kugwiza ubutunzi.

38. Izo ngingo n'amabwirizwa y'ibiziririjwe vyadondaguwe ng'aho hejuru, ibibi bibikomokako, Imana yawe Rurema Allah ntibikunda namba.

كُلُّ ذَٰلِكَ كَانَ سَيِّئُهُۥ عِندَ رَبِّكَ مَكۡرُوهًا ٣٨

39. Muvugishwamana! Izo ngingo n'amabwirizwa rero, ni bimwe mu vyo Imana yawe Rurema Allah Yaguhishuriye. Muntu! Ntukanabangikanye Imana Allah n'iyindi mana mu gusenga, wohava utabwa mu muriro wa Jahannamu, abantu bagatangura kugutako imiragwe, na we ubwawe ukicuza ukayitako, ukisanga ata ciza na kimwe ufise kiretse ivumwe.

ذَٰلِكَ مِمَّآ أَوۡحَىٰٓ إِلَيۡكَ رَبُّكَ مِنَ ٱلۡحِكۡمَةِۗ وَلَا تَجۡعَلۡ مَعَ ٱللَّهِ إِلَٰهًا ءَاخَرَ فَتُلۡقَىٰ فِي جَهَنَّمَ مَلُومٗا مَّدۡحُورًا ٣٩

40. Babangikanyamana! Mbega Imana yanyu Rurema Allah Yabahitiyemwo kubaha abana b'abahungu, Iraheza Yigenera mu bamalayika abana b'abakobwa! Mu vy'ukuri, mwebwe muvuga ijambo ribi cane ryo kwomekera abana b'abakobwa ku Mana Allah.

أَفَأَصۡفَىٰكُمۡ رَبُّكُم بِٱلۡبَنِينَ وَٱتَّخَذَ مِنَ ٱلۡمَلَٰٓئِكَةِ إِنَٰثًاۚ إِنَّكُمۡ لَتَقُولُونَ قَوۡلًا عَظِيمٗا ٤٠

41. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaratomoye bikwiye muri Qor'ani, ingingo, amabwirizwa n'inyigisho zitandukanye, kugira abantu banyurwe baheze bikebuke. Iryo tomora ry'ingingo n'amabwirizwa, nta co ryigeze ryongereza abirenganya mu bantu, kiretse ubugaba bwo guhunga ukuri no kutikebuka.

وَلَقَدۡ صَرَّفۡنَا فِي هَٰذَا ٱلۡقُرۡءَانِ لِيَذَّكَّرُواْ وَمَا يَزِيدُهُمۡ إِلَّا نُفُورٗا ٤١

42. Ntumwa y'Imana! Vuga ushimangira isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, uti: "Imana Allah, iyo Iba Ifise izindi mana biri kumwe nk'uko ababangikanyamana bavuga, nya mana zari kurondera inzira izishikana kw'iganza ry'Imana Allah Nyenubuhangamo".

قُل لَّوۡ كَانَ مَعَهُۥٓ ءَالِهَةٞ كَمَا يَقُولُونَ إِذٗا لَّٱبۡتَغَوۡاْ إِلَىٰ ذِي ٱلۡعَرۡشِ سَبِيلٗا ٤٢

43. Nihaninahazwe Imana Allah, Ihabwe n'icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bavuga.

سُبۡحَٰنَهُۥ وَتَعَٰلَىٰ عَمَّا يَقُولُونَ عُلُوّٗا كَبِيرٗا ٤٣

44. Amajuru indwi n'isi hamwe n'ibiri muri vyo, vyose biraninahaza Imana Allah, nta n'ikintu na kimwe rero caremwe, kiretse ko kininahaza Imana Allah mu kuyishimagiza, ariko mwebwe abantu ntimutahura ininahazamana ryavyo. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yamye ari Nyenubwitonzi-ntangere, ntiyihutira guhana ibigaba, Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya.

تُسَبِّحُ لَهُ ٱلسَّمَٰوَٰتُ ٱلسَّبۡعُ وَٱلۡأَرۡضُ وَمَن فِيهِنَّۚ وَإِن مِّن شَيۡءٍ إِلَّا يُسَبِّحُ بِحَمۡدِهِۦ وَلَٰكِن لَّا تَفۡقَهُونَ تَسۡبِيحَهُمۡۚ إِنَّهُۥ كَانَ حَلِيمًا غَفُورٗا ٤٤

45. Ntumwa y'Imana! Iyo usomye Qor'ani, maze ababangikanyamana bakayumva, mu kubahanira ubutumva bwabo, Duca Dushira ipaziya hagati yawe n'abatemera ubuzima bw'inyuma yo gupfa, maze nya paziya igatuma badatahura Qor'ani;

وَإِذَا قَرَأۡتَ ٱلۡقُرۡءَانَ جَعَلۡنَا بَيۡنَكَ وَبَيۡنَ ٱلَّذِينَ لَا يُؤۡمِنُونَ بِٱلۡأٓخِرَةِ حِجَابٗا مَّسۡتُورٗا ٤٥

46. Tugaheza Tugasibanganya n'imitima yabo igacika agatimatare biturutse ku bugaba bwabo, ntibaheze ngo banyurwe na Qor'ani, Tukaziba n'amatwi yabo maze ntibumvirize Qor'ani ngo igire ico ibunguye; n'iyo uyaze Imana yawe Rurema muri Qor'ani, urarikira ko Yosengwa

وَجَعَلۡنَا عَلَىٰ قُلُوبِهِمۡ أَكِنَّةً أَن يَفۡقَهُوهُ وَفِيٓ ءَاذَانِهِمۡ وَقۡرٗاۚ وَإِذَا ذَكَرۡتَ رَبَّكَ فِي ٱلۡقُرۡءَانِ وَحۡدَهُۥ

ari Imwe Rudende Itabangikanywa, baca birabira hirya bakagenza umugongo bahunga iryo rarikwa ryo gusenga batabangikanya Imana Imwe Rudende Allah.

وَلَّوْا۟ عَلَىٰٓ أَدْبَـٰرِهِمْ نُفُورًا ﴿٤٦﴾

47. Burya rero Twebwe Allah, Turazi neza ihangiro ry'ivyo ababangikanyamana bumviriza iyo bariko bagutega amatwi. Ntibanakwumviriza ku mvo zo gutahura ngo banyurwe. Turazi n'ivyo bavuga mu bwongoshwe, maze abirenganije muri bo, bakavuga bati: "Emwe! Nta co mukurikira kiretse umugabo yarozwe agakeherwa n'ubwenge!".

نَّحْنُ أَعْلَمُ بِمَا يَسْتَمِعُونَ بِهِۦٓ إِذْ يَسْتَمِعُونَ إِلَيْكَ وَإِذْ هُمْ نَجْوَىٰٓ إِذْ يَقُولُ ٱلظَّـٰلِمُونَ إِن تَتَّبِعُونَ إِلَّا رَجُلًا مَّسْحُورًا ﴿٤٧﴾

48. Ntumwa y'Imana! Ehe raba ukuntu ababangikanyamana bakugize iciro ry'umugani ko uri umurozi wakehewe n'ubwenge, maze barahuba, eka ntibashobora no gutumbera inzira igororotse y'ukuri.

ٱنظُرْ كَيْفَ ضَرَبُوا۟ لَكَ ٱلْأَمْثَالَ فَضَلُّوا۟ فَلَا يَسْتَطِيعُونَ سَبِيلًا ﴿٤٨﴾

49. Ababangikanyamana bavuze bamirira kure izuka ry'ibiremwa, bati: "Aho rero nitwahwera tugacika amagufa yabunzwe akabora, burya tuzosubizwa ubuzima kandi, duheze tuzuke ku musi w'izuka!".

وَقَالُوٓا۟ أَءِذَا كُنَّا عِظَـٰمًا وَرُفَـٰتًا أَءِنَّا لَمَبْعُوثُونَ خَلْقًا جَدِيدًا ﴿٤٩﴾

50. Ntumwa y'Imana! Bishure uti: "Murashaka muhinduke ibuye canke icuma nimwaba mubishoboye;

قُلْ كُونُوا۟ حِجَارَةً أَوْ حَدِيدًا ﴿٥٠﴾

51. Canke muhinduke ikindi kiremwa mubona ko gihambaye cane, nta kibuza ko muzozuka". Umaze kubabwira ivyo, muri ico gihe bazokwinamura bahakana, bati: "Ni nde yodusubiza ubuzima twaramaze gupfa!". Bakurire inkoni ku gishitsi ubabwire uti: "Imana Allah Yabaremye na mbere, ni Yo Izobazura Ikabasubiza ubuzima". Nibumva iyo nyishu, bazozungagiza umutwe bitangaza, baheze bavuge bati: "None iryo zuka ry'ibiremwa, rizoba ryari!?". Uraheza ubishure uti: "Mwobibwirwa n'iki ko kumbure iryo zuka ry'ibiremwa riri hafi kugera!".

أَوْ خَلْقًا مِّمَّا يَكْبُرُ فِى صُدُورِكُمْ ۚ فَسَيَقُولُونَ مَن يُعِيدُنَا ۖ قُلِ ٱلَّذِى فَطَرَكُمْ أَوَّلَ مَرَّةٍ ۚ فَسَيُنْغِضُونَ إِلَيْكَ رُءُوسَهُمْ وَيَقُولُونَ مَتَىٰ هُوَ ۖ قُلْ عَسَىٰٓ أَن يَكُونَ قَرِيبًا ﴿٥١﴾

52. Umusi Imana Allah, Iyabaremye Yabahamagaye ngo muzuke, maze mukitaba muyishimagiza, mugasokoroka mu kuzimu mwubahiriza itegeko ryayo, muzokwibaza ko mutigeze muba kw'isi kiretse akanya gato, bitewe n'intureka z'uwo musi.

يَوْمَ يَدْعُوكُمْ فَتَسْتَجِيبُونَ بِحَمْدِهِۦ وَتَظُنُّونَ إِن لَّبِثْتُمْ إِلَّا قَلِيلًا ﴿٥٢﴾

53. Ntumwa y'Imana! Bwira abaja banje b'abemeramana bavuge amajambo meza aroranye, abereye mu bihe vyose. Nibatabikora ukwo, bazokwibonerako. Mu vy'ukuri, shetani irateranya ikabiba urwanko hagati yabo; ni ukuri shetani, yamye ari umwansi agaragara kuri kiremwa-muntu.

وَقُل لِّعِبَادِى يَقُولُوا۟ ٱلَّتِى هِىَ أَحْسَنُ ۚ إِنَّ ٱلشَّيْطَـٰنَ يَنزَغُ بَيْنَهُمْ ۚ إِنَّ ٱلشَّيْطَـٰنَ كَانَ لِلْإِنسَـٰنِ عَدُوًّا مُّبِينًا ﴿٥٣﴾

54. Bantu! Imana yanyu Rurema Allah Irabazi neza. Ishatse Yobagirira impuhwe Ikabashoboza kwemera; canke Ishatse Igatuma muhwerera mu bugarariji, Igaheza Ikabahana. Ntumwa y'Imana! Eka ntitwakurungitse ku bantu kugira ubabere umuhagarikizi ajejwe kubahembera ivyo bakoze;

رَّبُّكُمْ أَعْلَمُ بِكُمْ ۖ إِن يَشَأْ يَرْحَمْكُمْ أَوْ إِن يَشَأْ يُعَذِّبْكُمْ ۚ وَمَآ أَرْسَلْنَٰكَ عَلَيْهِمْ وَكِيلًا ﴿٥٤﴾

55. Imana yawe Rurema Allah, Irazi neza ibiremwa biri mu majuru no mw'isi. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaradugije icubahiro bamwe mu Bavugishwamana gusumba abandi, mu guhabwa Ibitabu n'ubwinshi bw'ababakurikiye, Twaranahaye n'Intumwa Dawudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Igitabu ca Zaburi.

وَرَبُّكَ أَعْلَمُ بِمَن فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۗ وَلَقَدْ فَضَّلْنَا بَعْضَ ٱلنَّبِيِّـۧنَ عَلَىٰ بَعْضٍ ۖ وَءَاتَيْنَا دَاوُۥدَ زَبُورًا ﴿٥٥﴾

56. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Nimusabe mutakambira ibigirwamana musenga mu gishingo c'Imana Allah, maze bibakureko ivyago! Ico mwomenya co, ni uko bidashoboye namba kubakurako nya vyago; kira noneho rero, ntibinashoboye no gutera ivyago n'uwundi atari mwebwe[1]".

قُلِ ٱدْعُوا۟ ٱلَّذِينَ زَعَمْتُم مِّن دُونِهِۦ فَلَا يَمْلِكُونَ كَشْفَ ٱلضُّرِّ عَنكُمْ وَلَا تَحْوِيلًا ﴿٥٦﴾

57. Ivyo bigirwamana musenga mutakambira mu biremwa, vyaba mu Bavugishwamana, mu beranda canke mu bamalayika, birahiganwa mu gukora ivyobishikana ku Mana yavyo Rurema Allah, bikizigira kuronka impuhwe zayo, bigatinya n'ibihano vyayo. Mu vy'ukuri ibihano vy'Imana yawe Rurema Allah, abantu barakwiye kubitinya bakavyigira kure.

أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ يَدْعُونَ يَبْتَغُونَ إِلَىٰ رَبِّهِمُ ٱلْوَسِيلَةَ أَيُّهُمْ أَقْرَبُ وَيَرْجُونَ رَحْمَتَهُۥ وَيَخَافُونَ عَذَابَهُۥٓ ۚ إِنَّ عَذَابَ رَبِّكَ كَانَ مَحْذُورًا ﴿٥٧﴾

58. Nta gacimbiri na kamwe k'abagarariji gahakana Intumwa, kiretse ko Twebwe Allah Tuzogahonya imbere yuko umuhero w'isi ugera; canke Tukagahanisha ibihano bibabaza kw'isi. Iryo honywa n'ihanwa ryako, vyaramaze kwandikwa mu vyagezwe n'Imana Allah.

وَإِن مِّن قَرْيَةٍ إِلَّا نَحْنُ مُهْلِكُوهَا قَبْلَ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ أَوْ مُعَذِّبُوهَا عَذَابًا شَدِيدًا ۚ كَانَ ذَٰلِكَ فِى ٱلْكِتَٰبِ مَسْطُورًا ﴿٥٨﴾

59. Nta catumye Tutamanura ibitangaro vyasabwe n'ababangikanyamana, atari uko abo hambere y'abo Twabamanuriye nya bitangaro bakabihakana. Twarahaye Bene Thamuudi (barungikiwe Intumwa Swalehe) igitangaro gitomoye c'ingamiya, baraheza barirenganya bivuye inyuma mu guhakana nya gitangaro. Burya Twebwe Allah, ntitwigeze Turungikana Intumwa ibitangaro, atari ukugira ngo abantu batinye ibihano vyacu, baheze bikebuke.

وَمَا مَنَعَنَآ أَن نُّرْسِلَ بِٱلْـَٔايَٰتِ إِلَّآ أَن كَذَّبَ بِهَا ٱلْأَوَّلُونَ ۚ وَءَاتَيْنَا ثَمُودَ ٱلنَّاقَةَ مُبْصِرَةً فَظَلَمُوا۟ بِهَا ۚ وَمَا نُرْسِلُ بِٱلْـَٔايَٰتِ إِلَّا تَخْوِيفًا ﴿٥٩﴾

60. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Twakubwira Duti: "Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, Yarahetuye abantu mu bumenyi n'ubushobozi vyayo. N'ivyo Twakweretse mu bitangaje vy'ibiremwa mu rugendo rw'ijoro no mu kuduzwa

وَإِذْ قُلْنَا لَكَ إِنَّ رَبَّكَ أَحَاطَ بِٱلنَّاسِ ۚ وَمَا جَعَلْنَا ٱلرُّءْيَا ٱلَّتِىٓ أَرَيْنَٰكَ إِلَّا فِتْنَةً

[1] Iyi Aayah irabuza gusenga no kwiyambaza ikintu na kimwe mu gishingo c'Imana Allah, caba ari umuzimu canke ikiri kizima, yaba Intumwa canke umweranda, n'ibindi.

لِلنَّاسِ وَٱلشَّجَرَةَ ٱلْمَلْعُونَةَ فِى ٱلْقُرْءَانِ ۚ وَنُخَوِّفُهُمْ فَمَا يَزِيدُهُمْ إِلَّا طُغْيَٰنًا كَبِيرًا ﴿٦٠﴾

mw'ijuru, ukabibona ukuri kwamye, ntitwabigize atari ukugira ngo bibe igeragezwa ku bantu; gutyo hagaragare umwemeramana n'umugarariji. N'igiti citwa "Al-Zaqquum" cavumwe, kivugwa muri Qor'ani, na co nyene Twakigize igeragezwa ku bantu. Turanatera rero n'ubwoba ababangikanyamana mu kubarungukira ibihano n'ibitangaro bitandukanye, ariko hamwe n'ivyo vyose, nta na kimwe bibongerereza kiretse ukwimonogoza mu bugarariji".

وَإِذْ قُلْنَا لِلْمَلَٰٓئِكَةِ ٱسْجُدُوا۟ لِءَادَمَ فَسَجَدُوٓا۟ إِلَّآ إِبْلِيسَ قَالَ ءَأَسْجُدُ لِمَنْ خَلَقْتَ طِينًا ﴿٦١﴾

61. Ntumwa y'Imana! Ibuka kandi n'igihe Twebwe Allah, Twabwiriza abamalayika hamwe na "Ibilisi[1]" Duti: "Nimwubamire Adamu mumuhe icubahiro kimukwiye", abamalayika baraheza baragamburuka barubama kiretse Ibilisi yakomoka mu Majini, yaciye avuga ku bwishime n'akantu ati: "Vyoshoboka gute ko nubamira ikiremwa Waremye mw'ivu!".

قَالَ أَرَءَيْتَكَ هَٰذَا ٱلَّذِى كَرَّمْتَ عَلَىَّ لَئِنْ أَخَّرْتَنِ إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ لَأَحْتَنِكَنَّ ذُرِّيَّتَهُۥٓ إِلَّا قَلِيلًا ﴿٦٢﴾

62. Ibilisi n'ubugarariji n'akantu yarubahutse abwira Imana Allah n'agahigihigi ati: "Urabona iki kiremwa Uteye iteka Ukacubahiriza kunsumba, niwampa kuramba gushika ku musi w'izuka, nta co ntazokora mu kurazwa ishinga no gukwiragiza ubwononyi no guhubisha uruvyaro rwaco uko nshoboye kwose, kiretse gusa bake muri rwo bazogutumbera mu vyo bakora".

قَالَ ٱذْهَبْ فَمَن تَبِعَكَ مِنْهُمْ فَإِنَّ جَهَنَّمَ جَزَآؤُكُمْ جَزَآءً مَّوْفُورًا ﴿٦٣﴾

63. Imana Allah Yaciye Ibwira Ibilisi Iti: "Genda umaramarire hiyo! Uwuzogukurikira mu ruvyaro rwa Adamu akakwumvira, mu vy'ukuri igihano cawe hamwe n'abagukurikiye, kirabarindiriye mu muriro wa Jahannamu;

وَٱسْتَفْزِزْ مَنِ ٱسْتَطَعْتَ مِنْهُم بِصَوْتِكَ وَأَجْلِبْ عَلَيْهِم بِخَيْلِكَ وَرَجِلِكَ وَشَارِكْهُمْ فِى ٱلْأَمْوَٰلِ وَٱلْأَوْلَٰدِ وَعِدْهُمْ ۚ وَمَا يَعِدُهُمُ ٱلشَّيْطَٰنُ إِلَّا غُرُورًا ﴿٦٤﴾

64. Wewe genda wigarurire abo ushoboye bose muri nya ruvyaro, mu kubararikira ubuhuvyi n'ubwononyi, maze ugireko wegeranya ingabo zawe zose zishoboka, izigendera ku bitwazi n'izigenda n'amaguru, uheze wifadikanye na zo mu kunyengetera mu matungo yabo barondera, baheze bayakoreshe mu kuyatanga mu bizira, unyengetere no muri bo mu kubaryohereza ivyaha no kuvyara abana baciye mu busambanyi; ntugarukirize ng'aho, ahubwo niwongere ubahe isezerano ry'ikinyoma". Burya shetani, ntiyigera itanga isezerano ry'ukuri, kiretse ko ari uruhendo gusa.

إِنَّ عِبَادِى لَيْسَ لَكَ عَلَيْهِمْ سُلْطَٰنٌ ۚ وَكَفَىٰ بِرَبِّكَ وَكِيلًا ﴿٦٥﴾

65. Mu vy'ukuri, abaja banje bantumbera mu vyo bakora, nta bubasha ubafiseko namba. Ntumwa y'Imana! Imana yawe Rurema Allah Irakwiye kuba Umuhagarikizi Akingira abantu inyoshambi n'uruhendo vya shetani.

[1] Ibilisi, ni izina ry'ikiremwa ca mbere mu Majini, ni na co cahavuye kiba inkomoko y'amajini. Mu Majini rero harimwo abemeramana hakabamwo n'abagarariji (amashetani).

66. Bantu! Imana yanyu Rurema Allah, ni Yo Ituma ubwato bubatwara bugendera mw'ibahari, kugira murondere mu mpano zayo mu ruja n'uruza mu rudandazwa. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yamye ari Nyenimbabazi n'impuhwe ku biremwa vyayo;

رَّبُّكُمُ ٱلَّذِى يُزْجِى لَكُمُ ٱلْفُلْكَ فِى ٱلْبَحْرِ لِتَبْتَغُوا۟ مِن فَضْلِهِۦٓ ۚ إِنَّهُۥ كَانَ بِكُمْ رَحِيمًا ﴿٦٦﴾

67. Iyo mukozweko n'ivyago mw'ibahari mugahakwa gutwarwa, mushoka mwibagira ivyo mwahora mubangikanya n'Imana Allah, maze mugasaba Imana Imwe Rudende Allah muyitakambira ngo Ibibakureko, Imana Allah Yamara kubibakurako, Ikabashikana imusozi amahoro, mugaca mwigira ba sindabibazwa mu kwirengagiza itakambiramana ku bugaba bwanyu. Burya zina kiremwa-muntu, kuva na kera na rindi, yamye yihakana inema z'Imana Allah.

وَإِذَا مَسَّكُمُ ٱلضُّرُّ فِى ٱلْبَحْرِ ضَلَّ مَن تَدْعُونَ إِلَّآ إِيَّاهُ ۖ فَلَمَّا نَجَّىٰكُمْ إِلَى ٱلْبَرِّ أَعْرَضْتُمْ ۚ وَكَانَ ٱلْإِنسَٰنُ كَفُورًا ﴿٦٧﴾

68. Mbega bantu! Karashize ingani mugotwe ku bihano vy'Imana Allah, mutekaniwe ku Mana Allah ko Itobafuririra imusozi, canke ko Itobarungikira imvura y'urubuye izananye mu kirere, hanyuma mukisanga ata muhagarikizi n'umwe yoshobora kubakingira ivyo bihano!

أَفَأَمِنتُمْ أَن يَخْسِفَ بِكُمْ جَانِبَ ٱلْبَرِّ أَوْ يُرْسِلَ عَلَيْكُمْ حَاصِبًا ثُمَّ لَا تَجِدُوا۟ لَكُمْ وَكِيلًا ﴿٦٨﴾

69. Canke mbega hoho, mwoba mutekaniwe ku Mana Allah mu gihe mwamaze kugarariza, ko Itobasubiza kandi mw'ibahari, Igaheza Ikabarungikira igihuhusi kikabasomesha nturi bivuye kw'igarariza ryanyu, hanyuma ntimuronke n'ico mwitwaza ngo mwisigure imbere yacu!

أَمْ أَمِنتُمْ أَن يُعِيدَكُمْ فِيهِ تَارَةً أُخْرَىٰ فَيُرْسِلَ عَلَيْكُمْ قَاصِفًا مِّنَ ٱلرِّيحِ فَيُغْرِقَكُم بِمَا كَفَرْتُمْ ثُمَّ لَا تَجِدُوا۟ لَكُمْ عَلَيْنَا بِهِۦ تَبِيعًا ﴿٦٩﴾

70. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarateye iteka ry'icubahiro Bene Adamu mu kubacisha ubwenge, mu kubarungikira Intumwa no mu kuborohereza kwikora ku biri mw'isi. Twaranabashoboje kwiyunguruza imusozi ku bitwazi, no kwiyunguruza mu bwato mw'ibahari, Tubaronsa n'ibibabeshaho mu mfungurwa n'ibinyobwa vyiza birekuwe, Turaheza rero Tubaha n'icubahiro gisumba ic'ibindi biremwa vyinshi Twaremye.

۞ وَلَقَدْ كَرَّمْنَا بَنِىٓ ءَادَمَ وَحَمَلْنَٰهُمْ فِى ٱلْبَرِّ وَٱلْبَحْرِ وَرَزَقْنَٰهُم مِّنَ ٱلطَّيِّبَٰتِ وَفَضَّلْنَٰهُمْ عَلَىٰ كَثِيرٍ مِّمَّنْ خَلَقْنَا تَفْضِيلًا ﴿٧٠﴾

71. Ntumwa y'Imana! Ibuka umusi w'izuka, igihe Twarengukije umugwi umwumwe w'abantu hamwe n'indongozi yawo bumvira kw'isi bakayikurikira; uwuzogira amahirwe rero akaba muri nya mugwi ari umweranda, maze agahabwa n'igitabu c'ivyo yakoze mu kuboko kw'ukuryo, uyo azoba ari mu bantu bazosoma igitabu cabo bahimbawe n'akamwemwe kenshi. Abo rero, ntibazorenganywa na gato ku ndishi y'ivyo bakoze, n'aho koba akantu kanzunya kangana n'akanyuzi kari ku nda y'urutete rw'itende.

يَوْمَ نَدْعُوا۟ كُلَّ أُنَاسٍۭ بِإِمَٰمِهِمْ ۖ فَمَنْ أُوتِىَ كِتَٰبَهُۥ بِيَمِينِهِۦ فَأُو۟لَٰٓئِكَ يَقْرَءُونَ كِتَٰبَهُمْ وَلَا يُظْلَمُونَ فَتِيلًا ﴿٧١﴾

72. Nayo uwuzoba kuri iyi si, ari impumyi y'igipfamutima mu kutemera Imana Allah n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), no mu

وَمَن كَانَ فِى هَٰذِهِۦٓ أَعْمَىٰ فَهُوَ فِى ٱلْءَاخِرَةِ أَعْمَىٰ وَأَضَلُّ سَبِيلًا ﴿٧٢﴾

buzima bw'inyuma yo gupfa nyene, azoba ari impumyi y'igipfamutima idashobora guca mu nzira igana mu Bwami bw'ijuru, kanatsinda azoba yaranahuvye uguhuba nya guhuba inzira y'uburongozi kw'isi.

73. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana bahatswe kugukura ku ntumbero y'ivyo Twakumanuriye muri Qor'ani, kugira ngo uturementanirize ibihushanye na vyo, iyo rero uramuka urementanije nk'uko bavyipfuza, ni ukuri bari kukugira umugenzi pfampfe;

وَإِن كَادُواْ لَيَفْتِنُونَكَ عَنِ ٱلَّذِىٓ أَوْحَيْنَآ إِلَيْكَ لِتَفْتَرِىَ عَلَيْنَا غَيْرَهُۥ ۖ وَإِذًا لَّٱتَّخَذُوكَ خَلِيلًا ﴿٧٣﴾

74. Iyo rero Tutagutsimbataza ku kuri, ni ukuri warahatswe guhengamira gato ku ruhande rwabo mu kubemerera bimwe mu vyo bipfuza, kuko baguma bagutega imitego, na we ukamana icizigiro ko bazoteba bakemera.

وَلَوْلَآ أَن ثَبَّتْنَاكَ لَقَدْ كِدتَّ تَرْكَنُ إِلَيْهِمْ شَيْـًٔا قَلِيلًا ﴿٧٤﴾

75. Iyo uhirahira rero ugahengamira na gato ku ruhande rwabo, ni ukuri Twari guca Tuguha ibihano bigwijwe na kabiri mu buzima bwo kw'isi, n'ibihano bigwijwe na kabiri nyene igihe uri ku mpfiro[1], hanyuma ntiworonse umuntu n'umwe agutabara ngo agukureko ibihano vyacu.

إِذًا لَّأَذَقْنَاكَ ضِعْفَ ٱلْحَيَوٰةِ وَضِعْفَ ٱلْمَمَاتِ ثُمَّ لَا تَجِدُ لَكَ عَلَيْنَا نَصِيرًا ﴿٧٥﴾

76. Abagarariji baranahatswe kukwomora mu gisagara ca Makka ku kuntu bakubangamira. Iyo bahirahira rero ngo bakwomore muri ico gisagara, na bo nyene ntibari kukigumamwo kiretse akanya gato gusa, Tugaca Tubahana;

وَإِن كَادُواْ لَيَسْتَفِزُّونَكَ مِنَ ٱلْأَرْضِ لِيُخْرِجُوكَ مِنْهَا ۖ وَإِذًا لَّا يَلْبَثُونَ خِلَٰفَكَ إِلَّا قَلِيلًا ﴿٧٦﴾

77. Ni uko vyamye rero ku bo Twarungikiye Intumwa zacu aho hambere yawe, ko abomoye Intumwa Twashoka Tubahana. Ntumwa y'Imana! Genda ugendereze, nta hantu na hamwe uzosanga Twarigeze kudohoka ku ngingo yo guhana abomoye Intumwa.

سُنَّةَ مَن قَدْ أَرْسَلْنَا قَبْلَكَ مِن رُّسُلِنَا ۖ وَلَا تَجِدُ لِسُنَّتِنَا تَحْوِيلًا ﴿٧٧﴾

78. Tsimbataza rero amasengesho akwije ibisabwa guhera ku muhingamo gushika ku mugoroba buhwibiye; wongere utsimbataze isengesho ryo mu mutwenzi, uheze urisomemwo Qor'ani umwanya muremure, mu vy'ukuri isengesho ryo mu mutwenzi, ryitabirwa n'abamalayika b'ijoro hamwe n'abandi babakorera mu ngata ku murango;

أَقِمِ ٱلصَّلَوٰةَ لِدُلُوكِ ٱلشَّمْسِ إِلَىٰ غَسَقِ ٱلَّيْلِ وَقُرْءَانَ ٱلْفَجْرِ ۖ إِنَّ قُرْءَانَ ٱلْفَجْرِ كَانَ مَشْهُودًا ﴿٧٨﴾

79. Muvugishwamana! No mu gicugu, ba uvyuka usome Qor'ani umwanya muremure mw'isengesho; kugira iryo sengesho rikubere iry'inyongera rikudugiriza icubahiro, kumbure hari n'aho Imana yawe Rurema Allah Yokuzura ku musi w'izuka ufise igihagararo gishimwa n'ibiremwa, kuko uzobisabira gutezurirwa;

وَمِنَ ٱلَّيْلِ فَتَهَجَّدْ بِهِۦ نَافِلَةً لَّكَ عَسَىٰٓ أَن يَبْعَثَكَ رَبُّكَ مَقَامًا مَّحْمُودًا ﴿٧٩﴾

[1] Ivyo bihano, vyari kugwizwa na kabiri ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iyo iborohera mu guhengamira ku ruhande rwabo, kuko Imana Allah Yayihaye inema nyinshi, Iyigisha n'ubumenyi bwinshi bituma ikwiye gutsimbatara ku kuri.

80. Uraheza uvuge uti: “Mana yanje Rurema Allah! Ngenera ubwinjiriro bw’ukuri bunshikana ku vyiza; Ungenere n’ubusohokero bw’ukuri bunkura mu bibi, Wongere Umpe n’icemezo kivuye iwawe, gituma Untabara Ukankurako umwansi wese”.

وَقُل رَّبِّ أَدۡخِلۡنِي مُدۡخَلَ صِدۡقٖ وَأَخۡرِجۡنِي مُخۡرَجَ صِدۡقٖ وَٱجۡعَل لِّي مِن لَّدُنكَ سُلۡطَٰنٗا نَّصِيرٗا ٨٠

81. Ntumwa y’Imana! Bwira ababangikanyamana uti: “Ukuri kw’ubwislamu kwaraje, ikinyoma c’ibangikanyamana kiraheza gikubitirwa ahabona, mu vy’ukuri ikinyoma kimara umusi ntikimara umwaka, bitebe bitebuke gitegerezwa kuganzwa kigende amazimayongo”.

وَقُلۡ جَآءَ ٱلۡحَقُّ وَزَهَقَ ٱلۡبَٰطِلُۚ إِنَّ ٱلۡبَٰطِلَ كَانَ زَهُوقٗا ٨١

82. Twebwe Allah Tumanura muri Qor’ani Aayah zivura indwara z’umutima ziterwa n'ivyaha, izivura n'indwara zisinzikaza umubiri, n’izindi zituma abemeramana bagirirwa impuhwe n’Imana Allah. Burya iyi Qor’ani, ntiyongerereza abirenganya mu bugarariji, kiretse ubuhuvyi n’agahombo.

وَنُنَزِّلُ مِنَ ٱلۡقُرۡءَانِ مَا هُوَ شِفَآءٞ وَرَحۡمَةٞ لِّلۡمُؤۡمِنِينَ وَلَا يَزِيدُ ٱلظَّٰلِمِينَ إِلَّا خَسَارٗا ٨٢

83. Iyo Twebwe Allah Duhaye umuntu inema y’amatungo, ibibondo no kuroranirwa mu magara n’ibindi, araheza akagenza umugongo akirengagiza igamburukiramana. Iyo naho akozweko n’ikiza c’ubukene canke indwara n'ibindi, aca yihebura kuko atizeye Imana Allah.

وَإِذَآ أَنۡعَمۡنَا عَلَى ٱلۡإِنسَٰنِ أَعۡرَضَ وَنَـَٔا بِجَانِبِهِۦ وَإِذَا مَسَّهُ ٱلشَّرُّ كَانَ يَـُٔوسٗا ٨٣

84. Ntumwa y’Imana! Bwira abantu uti: “Umwe wese muri mwebwe akora yisunze uko ari, burya Imana yanyu Rurema Allah, ni Yo Izi neza umugororotsi atumbereye ukuri”.

قُلۡ كُلّٞ يَعۡمَلُ عَلَىٰ شَاكِلَتِهِۦ فَرَبُّكُمۡ أَعۡلَمُ بِمَنۡ هُوَ أَهۡدَىٰ سَبِيلٗا ٨٤

85. Ntumwa y’Imana! Abagarariji barakubaza ku bijanye n’inkomoko y’ubuzima “Roho”! Bishure uti: “Ukuri ku bijanye n’inkomoko y’ubuzima “Roho”, kuzwi gusa n’Imana yanje Rurema Allah, kanatsinda mwebwe n’abantu bose, ntimwahawe mu bumenyi kiretse ubumenyi buke.

وَيَسۡـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلرُّوحِۖ قُلِ ٱلرُّوحُ مِنۡ أَمۡرِ رَبِّي وَمَآ أُوتِيتُم مِّنَ ٱلۡعِلۡمِ إِلَّا قَلِيلٗا ٨٥

86. Ntumwa y’Imana! Twebwe Allah Twoshaka guhanagura mu mushaha wawe Qor’ani Twakumanuriye, ni ukuri Twobishobora, hanyuma ntiworonse umuhagarikizi n’umwe atubuza kuyihanagura canke ngo ayikwigishe bushasha;

وَلَئِن شِئۡنَا لَنَذۡهَبَنَّ بِٱلَّذِيٓ أَوۡحَيۡنَآ إِلَيۡكَ ثُمَّ لَا تَجِدُ لَكَ بِهِۦ عَلَيۡنَا وَكِيلًا ٨٦

87. Ariko rero Imana yawe Rurema Allah Yarakugiriye impuhwe, maze Itsimbataza Qor’ani mu mushaha wawe. Mu vy’ukuri, impano zayo kuri wewe zamye ari nta ngere[1].

إِلَّا رَحۡمَةٗ مِّن رَّبِّكَۚ إِنَّ فَضۡلَهُۥ كَانَ عَلَيۡكَ كَبِيرٗا ٨٧

[1] Zimwe mu ngabirano Imana Allah Yahaye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), ni uko Yayihaye Qor’ani ntagatifu, Iyigenera igihagararo kizoshimwa n’ibiremwa ku musi w’izuka, n’ibindi rero Itigeze Iha n’umwe mu biremwa.

قُل لَّئِنِ ٱجْتَمَعَتِ ٱلْإِنسُ وَٱلْجِنُّ عَلَىٰٓ أَن يَأْتُوا۟ بِمِثْلِ هَٰذَا ٱلْقُرْءَانِ لَا يَأْتُونَ بِمِثْلِهِۦ وَلَوْ كَانَ بَعْضُهُمْ لِبَعْضٍ ظَهِيرًا ﴿٨٨﴾

88. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "N'aho abantu n'amajini bari kwiyunga, bakaja hamwe kugira bazane nk'iyi Qor'ani y'igitangaza, ntibari gupfa bazanye nkayo mu ndimburo no mw'itomora ry'ingingo n'amabwirizwa yayo. N'iyo bari kurarikana hagati yabo kugira bagerageze, nta vyo bari gushobora namba".

وَلَقَدْ صَرَّفْنَا لِلنَّاسِ فِى هَٰذَا ٱلْقُرْءَانِ مِن كُلِّ مَثَلٍ فَأَبَىٰٓ أَكْثَرُ ٱلنَّاسِ إِلَّا كُفُورًا ﴿٨٩﴾

89. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaratomoreye abantu bikwiye muri Qor'ani, mu gutanga uburorero butandukanye bwotuma banyurwa bakikebuka, bagaheza bakubahiriza nya burorero mu kubugendera, ariko abenshi mu bantu bahisemwo kugarariza ukuri, baraheza barahakana bivuye inyuma ivyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah.

وَقَالُوا۟ لَن نُّؤْمِنَ لَكَ حَتَّىٰ تَفْجُرَ لَنَا مِنَ ٱلْأَرْضِ يَنۢبُوعًا ﴿٩٠﴾

90. Ababangikanyamana bamaze kuganzwa na Qor'ani, baciye basaba ko bohabwa ibitangaro nk'uko bavyipfuza, maze bavuga bati: "Muhama! Ntiturota tukwemera namba ngo dukore ivyo ushaka, utabanje kuducira iriba ry'amazi atemba ku gataka k'igisagara ca Makka;

أَوْ تَكُونَ لَكَ جَنَّةٌ مِّن نَّخِيلٍ وَعِنَبٍ فَتُفَجِّرَ ٱلْأَنْهَٰرَ خِلَٰلَهَا تَفْجِيرًا ﴿٩١﴾

91. Canke ugire umurima wiharije ugizwe n'ibiti vy'itende n'imizabibu, uheze uwucirire n'inzuzi zitemba mu migende yawo;

أَوْ تُسْقِطَ ٱلسَّمَآءَ كَمَا زَعَمْتَ عَلَيْنَا كِسَفًا أَوْ تَأْتِىَ بِٱللَّهِ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةِ قَبِيلًا ﴿٩٢﴾

92. Canke ijuru ritugweko nk'uko watuburiye, canke utuzanire Imana Allah n'abamalayika bayo tubibonere ukuri kwamye;

أَوْ يَكُونَ لَكَ بَيْتٌ مِّن زُخْرُفٍ أَوْ تَرْقَىٰ فِى ٱلسَّمَآءِ وَلَن نُّؤْمِنَ لِرُقِيِّكَ حَتَّىٰ تُنَزِّلَ عَلَيْنَا كِتَٰبًا نَّقْرَؤُهُۥ ۗ قُلْ سُبْحَانَ رَبِّى هَلْ كُنتُ إِلَّا بَشَرًا رَّسُولًا ﴿٩٣﴾

93. Canke wigirire inzu itatswe n'inzahabu, canke uduge mw'ijuru uciye ku ngazi, kandi ntituzokwemera ko waduzeyo utabanje kugaruka ufise igitabu kivuye ku Mana Allah, maze twisomere muri nya gitabu ko wewe uri Intumwa y'Imana Allah vy'ukuri". Ntumwa y'Imana! Bwira abo bagarariji uti: "Nihaninahazwe Imana yanje Rurema Allah! Mbega jewe ndi igiki ku Mana Allah, cotuma ndayitegeka kubazanira ibitangaro mwipfuza! Nta co ndi, kiretse kuba ndi umuntu nkaba n'Intumwa, nshikiriza ubutumwa bwayo nk'uko Yabundungikanye".

وَمَا مَنَعَ ٱلنَّاسَ أَن يُؤْمِنُوٓا۟ إِذْ جَآءَهُمُ ٱلْهُدَىٰٓ إِلَّآ أَن قَالُوٓا۟ أَبَعَثَ ٱللَّهُ بَشَرًا رَّسُولًا ﴿٩٤﴾

94. Nta cabujije rero abagarariji kwemera Imana n'Intumwa yayo igihe bashikirwa n'uburongozi buvuye ku Mana Allah, kiretse ijambo bavuze bahakana bati: "Ni gute Imana Allah Yorungika Intumwa ivuye mu bantu!".

قُل لَّوْ كَانَ فِى ٱلْأَرْضِ مَلَٰٓئِكَةٌ يَمْشُونَ مُطْمَئِنِّينَ لَنَزَّلْنَا عَلَيْهِم مِّنَ ٱلسَّمَآءِ مَلَكًا رَّسُولًا ﴿٩٥﴾

95. Ntumwa y'Imana! Gondoza ababangikanyamana, ubabwire uti: "Iyo kw'isi haza kuba abamalayika bagendagenda batekaniwe, ni ukuri Twebwe Allah, Twari kubarungikira Intumwa ivuye mu bamalayika nkabo[1]".

[1] Intumwa irungikwa ku bantu ivuye muri bo kugira ishikirize ubutumwa mu rurimi bumva, batahura.

قُلْ كَفَىٰ بِٱللَّهِ شَهِيدًۢا بَيْنِي وَبَيْنَكُمْۚ إِنَّهُۥ كَانَ بِعِبَادِهِۦ خَبِيرًۢا بَصِيرًا ﴿٩٦﴾

96. Babwire kandi uti: “Imana Allah ubwayo Irakwiye kuba Icabona hagati yanje na mwe, ko ndi Intumwa vy’ukuri. Mu vy’ukuri, Imana Allah Yamye ari Muhetuziwavyose, Nyenukubona, Irazi neza ibikorwa n’abaja bayo, nta na kimwe Iyobewe”.

وَمَن يَهْدِ ٱللَّهُ فَهُوَ ٱلْمُهْتَدِۖ وَمَن يُضْلِلْ فَلَن تَجِدَ لَهُمْ أَوْلِيَآءَ مِن دُونِهِۦۖ وَنَحْشُرُهُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ عَلَىٰ وُجُوهِهِمْ عُمْيًا وَبُكْمًا وَصُمًّاۖ مَّأْوَىٰهُمْ جَهَنَّمُۖ كُلَّمَا خَبَتْ زِدْنَٰهُمْ سَعِيرًا ﴿٩٧﴾

97. Uwushobojwe n'Imana Allah akarongoka mu kuri rero, uyo ni we mugororotsi vy’ukuri; nayo uwubaye intumva, maze Imana Allah Ikamureka agahuba inzira y’ukuri, uyo ari mu bantu utazokwigera uronkera n’umwe mu bahagarikizi hatarimwo Imana Allah, yobarongora ku kuri. Tuzoheza rero Twebwe Allah, Twegeranye abahuvye ku musi w’izuka bagenza amaso, batabona, batavuga, batumva. Ubushikiro bwabo, ni mu muriro wa Jahannamu; uko nya muriro ucureshe, ni ko Tuzowegenyeza ukarushirizaho kururumba.

ذَٰلِكَ جَزَآؤُهُم بِأَنَّهُمْ كَفَرُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا وَقَالُوٓا۟ أَءِذَا كُنَّا عِظَٰمًا وَرُفَٰتًا أَءِنَّا لَمَبْعُوثُونَ خَلْقًا جَدِيدًا ﴿٩٨﴾

98. Ivyo bihano rero, ni yo ndishi y’ababangikanyamana, ku kuntu bagararije Aayah n'ivyemezo vyacu Twebwe Allah, bakanavuga bahakana bivuye inyuma izuka ry’ibiremwa, bati: “Mbega nitwapfa tugacika amagufa yabunzwe akabora, ni ivy'ukuri ko tuzozuka duheze dusubizwe kandi ubuzima ku musi w’izuka!”.

أَوَلَمْ يَرَوْا۟ أَنَّ ٱللَّهَ ٱلَّذِى خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ قَادِرٌ عَلَىٰٓ أَن يَخْلُقَ مِثْلَهُمْ وَجَعَلَ لَهُمْ أَجَلًا لَّا رَيْبَ فِيهِ فَأَبَى ٱلظَّٰلِمُونَ إِلَّا كُفُورًا ﴿٩٩﴾

99. Mbega ababangikanyamana ntibamenye ko Imana Allah Yaremye ata co Irinze gufatirako amajuru n’isi n’ibiremwa biri hagati yavyo, Ishoboye kurema nkavyo mu gihe vyohona! Yaranategekanirije ababangikanyamana isango ryo gupfa n’iryo guhanwa, nta nkeka ko iryo sango ritegerezwa gushika. Hamwe n’ivyo rero, abirenganije mu guhakana izuka ry’ibiremwa, bahisemwo kugarariza idini ry’Imana Allah.

قُل لَّوْ أَنتُمْ تَمْلِكُونَ خَزَآئِنَ رَحْمَةِ رَبِّىٓ إِذًا لَّأَمْسَكْتُمْ خَشْيَةَ ٱلْإِنفَاقِۚ وَكَانَ ٱلْإِنسَٰنُ قَتُورًا ﴿١٠٠﴾

100. Ntumwa y’Imana! Bwira ababangikanyamana uti: “Iyo muba mugaba ibigega vy’impano z’Imana yanje Rurema Allah, zitigera zihera, mwari kuba ingumyi ku gutinya ko muramutse mutanze mwohava mukena, burya zina kiremwa-muntu camye ari impfumbasi, kiretse uwagiriwe impuhwe n’Imana Allah”.

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَا مُوسَىٰ تِسْعَ ءَايَٰتٍۭ بَيِّنَٰتٍ فَسْـَٔلْ بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ إِذْ جَآءَهُمْ فَقَالَ لَهُۥ فِرْعَوْنُ إِنِّى لَأَظُنُّكَ يَٰمُوسَىٰ مَسْحُورًا ﴿١٠١﴾

101. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarahaye Musa ibitangaro icenda bigaragara, vyemeza ukuri kw’ubutumwa bwiwe[1]. Ntumwa y’Imana! Urabaza Bene Israyeli ingene vyagenze igihe Musa yabazanira nya bitangaro bigaragara, maze Firawuni akamubwira ati: “Jewe mu vy’ukuri, nibaza ko wewe Musa warozwe, ugakeherwa n’ubwenge!”.

[1] Ivyo bitangaro bikaba vyari ibi bikurikira: ihinduka ry’inkoni ikaba inzoka amahanga, gusayangana kw’ikiganza mu gihe agikuye mu kwaha, itera ry’amapfa, ikeha ry’umwimbu w’ivyamwa, itera ry’imyuzurire y’amazi, itera ry’inzige, itera ry’udukoko turya ico ari co cose duhuye na co, itera ry’ibikere bikwiragiye hose n’ihinduka ry’ibinyobwa bigacika amaraso.

قَالَ لَقَدْ عَلِمْتَ مَآ أَنزَلَ هَٰٓؤُلَآءِ إِلَّا رَبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ بَصَآئِرَ وَإِنِّى لَأَظُنُّكَ يَٰفِرْعَوْنُ مَثْبُورًا ﴿١٠٢﴾

102. Musa yishuye Firawuni ati: “Ni ukuri, urazi neza ko ata wundi yamanuye ibi bitangaro icenda bigaragara atari Imana Allah, Rurema w’amajuru n’isi; Yamanuye nya bitangaro, kugira bibe ivyemezo vyotuma abanyabwenge bemera ko Imana Allah ari Yo Yaremye; n'uko ari Yo Ikwiye no gusengwa ari Imwe Rudende. Kandi rero nanje mu vy’ukuri, ndizeye ata gukekeranya ko wewe Firawuni wavumwe, utegerezwa guhona”.

فَأَرَادَ أَن يَسْتَفِزَّهُم مِّنَ ٱلْأَرْضِ فَأَغْرَقْنَٰهُ وَمَن مَّعَهُۥ جَمِيعًا ﴿١٠٣﴾

103. Ni ho rero Firawuni yatwarwa n’agashavu, aca ashaka kurondera gutera ubwoba Musa hamwe na Bene Israyeli, ko yobomora mu gihugu ca Misiri, maze Twebwe Allah Duca Turamusomesha nturi mw’ibahari, we hamwe n’ingabo ziwe zose.

وَقُلْنَا مِنۢ بَعْدِهِۦ لِبَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ٱسْكُنُوا۟ ٱلْأَرْضَ فَإِذَا جَآءَ وَعْدُ ٱلْءَاخِرَةِ جِئْنَا بِكُمْ لَفِيفًا ﴿١٠٤﴾

104. Maze Duca Tubwira Bene Israyeli mu nyuma y’ihonywa rya Firawuni n’ingabo ziwe, Duti: “Nimucumbike rero ku gataka ka Shaamu, nihagera ko umuhero w’isi ushika, Tuzoheza Tubazure mwese, muheze muharurirwe”.

وَبِٱلْحَقِّ أَنزَلْنَٰهُ وَبِٱلْحَقِّ نَزَلَ ۗ وَمَآ أَرْسَلْنَٰكَ إِلَّا مُبَشِّرًا وَنَذِيرًا ﴿١٠٥﴾

105. Twebwe Allah, Twamanuriye Qor’ani vy’ukuri Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), kugira irarikire abantu kugamburukira Imana Allah, kandi Qor’ani yamanutse mu kuri ikingiwe, nta kizokwongerwamwo canke ngo gikurwemwo n’abantu. Ntumwa y’Imana! Ntitwanagutumye rero, kiretse ngo ube Intumwa ishikiriza inkuru nziza ihumuriza abemeramana ko bazohabwa Ubwami bw’ijuru, ikanagabisha ibigaba ku bihano vy’Imana Allah.

وَقُرْءَانًا فَرَقْنَٰهُ لِتَقْرَأَهُۥ عَلَى ٱلنَّاسِ عَلَىٰ مُكْثٍ وَنَزَّلْنَٰهُ تَنزِيلًا ﴿١٠٦﴾

106. Ntumwa y’Imana! Twebwe Allah, Twakumanuriye Qor’ani itomoye, itandukanya uburongozi n’ubuhuvyi, ukuri n’ikinyoma, kugira uyisomere abantu mu bwitonzi nta ngere; Twanayihishuye bukebuke Dufatiye ku vyagiye birashikira abantu no ku kuntu babayeho.

قُلْ ءَامِنُوا۟ بِهِۦٓ أَوْ لَا تُؤْمِنُوٓا۟ ۚ إِنَّ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْعِلْمَ مِن قَبْلِهِۦٓ إِذَا يُتْلَىٰ عَلَيْهِمْ يَخِرُّونَ لِلْأَذْقَانِ سُجَّدًا ﴿١٠٧﴾

107. Ntumwa y’Imana! Bwira abahakanyi uti: “Mwemera Qor’ani mutayemera, ukuyemera kwanyu nta co kuyongerereza, eka no kuyihakana kwanyu nta co kuyitwara”. Mu vy’ukuri, abamenyi batahuye ukuri kw’ihishurwa rya Qor’ani mu bahawe Ibitabu vyo hambere yayo, iyo basomewe Qor’ani, bashoka bubamika uruhanga hasi mu kwubaha Imana Allah;

وَيَقُولُونَ سُبْحَٰنَ رَبِّنَآ إِن كَانَ وَعْدُ رَبِّنَا لَمَفْعُولًا ﴿١٠٨﴾

108. Maze bagaca bavuga bati: “Nihaninahazwe Imana yacu Rurema Allah mu buryo burengeye cane ivyo bayitiranya bakayibangikanya, nta nkeka ko Isezerano ry’Imana yacu Rurema Allah ryo guhemba abemeramana

n'iryo guhana abagarariji, ari iry'ukuri, ritegerezwa gushika";

وَيَخِرُّونَ لِلْأَذْقَانِ يَبْكُونَ وَيَزِيدُهُمْ خُشُوعًا ﴿١٠٩﴾

109. Bubamika uruhanga hasi rero bakorora amosozi ku kunyurwa n'inyigisho za Qor'ani, gutyo bakarushirizaho kwicisha bugufi ku Mana Allah.

قُلِ ادْعُوا اللَّهَ أَوِ ادْعُوا الرَّحْمَٰنَ ۖ أَيًّا مَّا تَدْعُوا فَلَهُ الْأَسْمَاءُ الْحُسْنَىٰ ۚ وَلَا تَجْهَرْ بِصَلَاتِكَ وَلَا تُخَافِتْ بِهَا وَابْتَغِ بَيْنَ ذَٰلِكَ سَبِيلًا ﴿١١٠﴾

110. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana[1] uti: "Nimusabe muvuga muti: "Ewe Mana Allah!" canke muvuga muti: "Ewe Nyenimpuhwe!", izina iryo ari ryo ryose mu mazina yayo mwosabisha, muzoba muriko musaba Imana Imwe Rudende, kuko Imana Allah amazina yayo yose Ifise, ni meza cane". Ntumwa y'Imana! Mu gihe uriko urasenga, ntugasome Qor'ani mw'ijwi rinini cane ngo ababangikanyamana bakwumve, eka ntukanayisome wongorera gushika n'aho abo usengesha batakwumva, uraheza rero usome nya Qor'ani mw'ijwi rigereranye.

وَقُلِ الْحَمْدُ لِلَّهِ الَّذِي لَمْ يَتَّخِذْ وَلَدًا وَلَمْ يَكُن لَّهُ شَرِيكٌ فِي الْمُلْكِ وَلَمْ يَكُن لَّهُ وَلِيٌّ مِّنَ الذُّلِّ ۖ وَكَبِّرْهُ تَكْبِيرًا ﴿١١١﴾

111. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Nihashimagizwe Imana Allah Itigeze Yigenera umwana, Itigeze Inagira na kimwe kibangikanijwe na Yo mu bumana bwayo, eka ntiyigeze Inagira umuhagarikizi mu biremwa kuko Yikwije kandi Yikenuye"; uraheza rero kandi uyikuze mu kuyisenga utayibangikanya, no mu kuyitumbera muri vyose, kuko ari Yo Nkuru Irengeye vyose".

18. Al-Kahf (Isenga ry'ibuye)
Aayah 110, Makka

بِسْمِ اللَّهِ الرَّحْمَٰنِ الرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

الْحَمْدُ لِلَّهِ الَّذِي أَنزَلَ عَلَىٰ عَبْدِهِ الْكِتَابَ وَلَمْ يَجْعَل لَّهُ عِوَجًا ﴿١﴾

1. Nihashimagizwe Imana Allah Yamanuriye Igitabu ca Qor'ani, Umuja wayo akaba n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kandi ntiyigeze Ishira muri nya Gitabu ca Qor'ani ingingo n'imwe idashingiye ku kuri.

قَيِّمًا لِّيُنذِرَ بَأْسًا شَدِيدًا مِّن لَّدُنْهُ وَيُبَشِّرَ الْمُؤْمِنِينَ الَّذِينَ يَعْمَلُونَ الصَّالِحَاتِ أَنَّ لَهُمْ أَجْرًا حَسَنًا ﴿٢﴾

2. Imana Allah, Yagize nya Gitabu ca Qor'ani kuba kigororotse, kitagiramwo amakenga n'ivuguruzanya mu ngingo zaco, kugira kigabishe abagarariji ku bihano bikaze vy'Imana Allah, congere gishikirize inkuru nziza ihumuriza abemeramana bakora ivyiza bitegetswe, ko mu vy'ukuri bategekanirijwe impembo nziza y'Ubwami bw'ijuru;

مَّاكِثِينَ فِيهِ أَبَدًا ﴿٣﴾

3. Bazoba muri nya Bwami bw'ijuru ibihe bidahera, bari mu nema zamaho.

[1] Ababangikanyamana banebagura Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko mu gusaba Imana Allah, isaba ivuga iti: "YA ALLAAH! YA RAHMAAN!" (Ewe Mana Allah! Ewe Mana Nyenimpuhwe!), bakaba babona ko ari ugusaba imana nyinshi.

4. Iyo Ntumwa iri ng'aho kandi kugira igabishe ku bihano vy'Imana Allah ababangikanyamana bavuze barementaniriza Imana Allah ko Yigeneye umwana.

وَيُنذِرَ ٱلَّذِينَ قَالُواْ ٱتَّخَذَ ٱللَّهُ وَلَدًا ﴿٤﴾

5. Ababangikanyamana nta n'ubumenyi bafise bokwisunga mu kwemeza ko Imana Allah Yigeneye koko umwana, eka n'abavyeyi babo bakurikiye muri iryo rementanya, na bo nyene nta bumenyi bari bafise bwo kurishimangira. Iryo jambo riva mu kanwa kabo rero, ryo kwomekera umwana ku Mana Allah, ni ribi cane, kanatsinda ntibavuga kiretse ikinyoma cambaye ubusa.

مَّا لَهُم بِهِۦ مِنْ عِلْمٍ وَلَا لِـَٔابَآئِهِمْ ۚ كَبُرَتْ كَلِمَةً تَخْرُجُ مِنْ أَفْوَٰهِهِمْ ۚ إِن يَقُولُونَ إِلَّا كَذِبًا ﴿٥﴾

6. Ntumwa y'Imana! Kumbure woba wicwa n'intuntu n'agahinda bitewe n'ukuntu abantu warungitsweko bakwirengagiza mu kugenza umugongo, ntibaheze ngo bemere Qor'ani banayigendere.

فَلَعَلَّكَ بَٰخِعٌ نَّفْسَكَ عَلَىٰٓ ءَاثَٰرِهِمْ إِن لَّمْ يُؤْمِنُواْ بِهَٰذَا ٱلْحَدِيثِ أَسَفًا ﴿٦﴾

7. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twaremye ibiri kw'isi, maze Tubigira ibisharizo vyayo, Tunabigira ibintu ngirakamaro ku bayicumbitseko, kugira Tubageragereze haheze hamenyekane uwukora ivyiza ku bw'Imana Allah kurusha abandi, hamenyekane n'umunyavyaha ruhebuza, gutyo Tuzohembere umwe wese ivyo yakoze.

إِنَّا جَعَلْنَا مَا عَلَى ٱلْأَرْضِ زِينَةً لَّهَا لِنَبْلُوَهُمْ أَيُّهُمْ أَحْسَنُ عَمَلًا ﴿٧﴾

8. Umuhero w'isi rero niwagera, ni ukuri ibiri kw'isi vyose Twebwe Allah Tuzobihindura ubukumbagare.

وَإِنَّا لَجَٰعِلُونَ مَا عَلَيْهَا صَعِيدًا جُرُزًا ﴿٨﴾

9. Ntumwa y'Imana! Mbega ivyashikiye benisenga ry'ibuye ari bo benurubaho rwanditsweko amazina n'amateka yabo, woba uriyumvira ko ari bimwe mu vyemezo n'ibitangaro vyacu bitangaje! Irema ry'amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo rero, ritangaje gusumba ivyashikiye benisenga ry'ibuye!

أَمْ حَسِبْتَ أَنَّ أَصْحَٰبَ ٱلْكَهْفِ وَٱلرَّقِيمِ كَانُواْ مِنْ ءَايَٰتِنَا عَجَبًا ﴿٩﴾

10. Ibuka igihe imikangara y'abemeramana yahungira mw'isenga ry'ibuye, ku gutinya ko yogeragezwa mu guhatirwa gusenga ibigirwamana, iraheza ivuga iti: "Mana yacu Rurema Allah! Duhundagazeko impuhwe zawe, maze Udutsimbataze ku kwemera, Udukingire n'inabi y'ibiremwa, Wongere Utworohereze inzira idushikana ku vyiza bigushimisha, duheze tube mu bagororotsi".

إِذْ أَوَى ٱلْفِتْيَةُ إِلَى ٱلْكَهْفِ فَقَالُواْ رَبَّنَآ ءَاتِنَا مِن لَّدُنكَ رَحْمَةً وَهَيِّئْ لَنَا مِنْ أَمْرِنَا رَشَدًا ﴿١٠﴾

11. Ni ho rero nya miyabaga Twayisinziriza umukondorazosi, iraheza iguma muri nya senga ry'ibuye imyaka n'iyindi.

فَضَرَبْنَا عَلَىٰٓ ءَاذَانِهِمْ فِى ٱلْكَهْفِ سِنِينَ عَدَدًا ﴿١١﴾

12. Hanyuma ni ho Twayikangura mw'itiro kugira Tugaragarize abantu ukuri ku vyo Dusanzwe Tuzi ku bijanye n'ikiringo iyo miyabaga yamaze isinziriye, ari na co imigwi ibiri yahazanako, gutyo haheze hamenyekane muri nya migwi ibiri, umugwi woba uzi neza igitigiri c'imisi nya miyabaga yamaze isinziriye.

ثُمَّ بَعَثْنَٰهُمْ لِنَعْلَمَ أَىُّ ٱلْحِزْبَيْنِ أَحْصَىٰ لِمَا لَبِثُوٓاْ أَمَدًا ﴿١٢﴾

13. Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah Tukwiganira kahise kabo vy'ukuri. Mu vy'ukuri, benisenga, ni abantu b'imikangara bemeye Imana yabo Rurema Allah baranayigamburukira, maze Tubongerereza ubugororotsi no gutsimbatara ku kuri.

نَّحۡنُ نَقُصُّ عَلَيۡكَ نَبَأَهُم بِٱلۡحَقِّۚ إِنَّهُمۡ فِتۡيَةٌ ءَامَنُواْ بِرَبِّهِمۡ وَزِدۡنَٰهُمۡ هُدٗى ١٣

14. Twaranatimbishije n'imitima yabo igihe bahagarara imbere y'umwami yagarariza, akabanebagura ko batagisenga ibigirwamana, bakavuga bati: "Imana yacu Rurema Allah dusenga, ni Imana Rurema Yaremye amajuru n'isi, ntituzokwigera dusenga mu gishingo cayo iyindi mana. Ni ukuri, mu gihe twovuga ibihushanye n'ivyo, twoba tuvuze ikinyoma ceruye".

وَرَبَطۡنَا عَلَىٰ قُلُوبِهِمۡ إِذۡ قَامُواْ فَقَالُواْ رَبُّنَا رَبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ لَن نَّدۡعُوَاْ مِن دُونِهِۦٓ إِلَٰهٗۖ لَّقَدۡ قُلۡنَآ إِذٗا شَطَطٗا ١٤

15. Ni ho rero babwirana hagati yabo bati: "Aba bantu bacu, bigiriye izindi mana basenga mu gishingo c'Imana Allah, ubwo ntitwobasaba bakazana ivyemezo bigaragara vyemeza isengwa ry'ivyo bigirwamana! Burya, nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah mu kuyibangikanya".

هَٰٓؤُلَآءِ قَوۡمُنَا ٱتَّخَذُواْ مِن دُونِهِۦٓ ءَالِهَةٗۖ لَّوۡلَا يَأۡتُونَ عَلَيۡهِم بِسُلۡطَٰنِۭ بَيِّنٖۖ فَمَنۡ أَظۡلَمُ مِمَّنِ ٱفۡتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبٗا ١٥

16. Twaraberetse rero ico bakwiye gukora, Duti: "Igihe mwiyonkoye ku babangikanyamana, mukavavanura n'ivyo basenga havuyemwo Imana Allah, murashoka muhungira mw'isenga ry'ibuye riri ku musozi, maze musenge Imana Imwe Rudende Allah, Imana Allah Izoheza Ibahundagazeko impuhwe zayo, nta na kimwe kizobabangamira, Yongere Iborohereze inzira yo kuronka ibibabeshaho".

وَإِذِ ٱعۡتَزَلۡتُمُوهُمۡ وَمَا يَعۡبُدُونَ إِلَّا ٱللَّهَ فَأۡوُۥٓاْ إِلَى ٱلۡكَهۡفِ يَنشُرۡ لَكُمۡ رَبُّكُم مِّن رَّحۡمَتِهِۦ وَيُهَيِّئۡ لَكُم مِّنۡ أَمۡرِكُم مِّرۡفَقٗا ١٦

17. Ni ho rero benisenga bahungira muri nya senga ry'ibuye, maze Imana Allah Ica Irabasinziriza umukondorazosi. Izuba riserutse, wabona rihengamiye iburyo bwa nya senga; ryarenga naho, ukabona rihengamiye ibubamfu bwa nya senga, ico gihe rero nta mishwarara y'izuba yabarasirako canke ngo babure akayaga keza gaciye mu bwinjiriro bwa nya senga. Iryo bungabungwa rya benisenga, riri mu vyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah. Uwushobojwe n'Imana Allah akemera akanagamburuka, uyo ni we mugororotsi vy'ukuri, nayo uwubaye intumva, maze Imana Allah Ikamureka agahuba inzira y'ukuri, ntuzokwigera umuronkera umuhagarikizi amutumbereza mu nzira y'ukuri.

۞وَتَرَى ٱلشَّمۡسَ إِذَا طَلَعَت تَّزَٰوَرُ عَن كَهۡفِهِمۡ ذَاتَ ٱلۡيَمِينِ وَإِذَا غَرَبَت تَّقۡرِضُهُمۡ ذَاتَ ٱلشِّمَالِ وَهُمۡ فِي فَجۡوَةٖ مِّنۡهُۚ ذَٰلِكَ مِنۡ ءَايَٰتِ ٱللَّهِۗ مَن يَهۡدِ ٱللَّهُ فَهُوَ ٱلۡمُهۡتَدِۖ وَمَن يُضۡلِلۡ فَلَن تَجِدَ لَهُۥ وَلِيّٗا مُّرۡشِدٗا ١٧

18. Ubonye rero ukuntu benisenga bari bameze, wokwibajije ko bakanura kandi basinziriye. Twebwe Allah, Twaguma Tubahindukiza ku rubavu rw'iburyo n'urw'ibubamfu, kugira ibihimba vyabo ntibibore ngo biribwe n'umuswa. Imbwa yabo bari kumwe, yari irambije

وَتَحۡسَبُهُمۡ أَيۡقَاظٗا وَهُمۡ رُقُودٞۚ وَنُقَلِّبُهُمۡ ذَاتَ ٱلۡيَمِينِ وَذَاتَ ٱلشِّمَالِۖ وَكَلۡبُهُم بَٰسِطٞ

ku bwinjiriro bwa nya senga nk'aho yoba ibacungereye. Uturukiriye aho bari, ubabonye wari gutungwa n'ayo wameze, wari no kwicwa n'ubwoba budasanzwe.

ذِرَاعَيْهِ بِٱلْوَصِيدِ لَوِ ٱطَّلَعْتَ عَلَيْهِمْ لَوَلَّيْتَ مِنْهُمْ فِرَارًا وَلَمُلِئْتَ مِنْهُمْ رُعْبًا ﴿١٨﴾

19. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twabasinzirije Tukanababungabunga ikiringo kirekire - Twabakanguye mw'itiro, kugira babazanye hagati yabo ku kiringo bamaze basinziriye. Bamwe muri bo bishuye bati: "Twasinziriye umusi umwe canke igice cawo"; abandi na bo bishuye bati: "Imana yanyu Rurema Allah, ni Yo Izi neza na neza ikiringo mumaze musinziriye. Enda nyabuna rero, nimurungikane aya mahera y'amadirhamu umwe muri mwebwe aje mu gisagara, maze abasumire mu mfungurwa zirekuwe, ziryoshe, aheze abazanireko ivyo mufungura, kandi agende yiyorobeka kugira ntihagire n'umwe amumenya ngo dufatwe;

وَكَذَٰلِكَ بَعَثْنَٰهُمْ لِيَتَسَآءَلُوا۟ بَيْنَهُمْ ۚ قَالَ قَآئِلٌ مِّنْهُمْ كَمْ لَبِثْتُمْ ۖ قَالُوا۟ لَبِثْنَا يَوْمًا أَوْ بَعْضَ يَوْمٍ ۚ قَالُوا۟ رَبُّكُمْ أَعْلَمُ بِمَا لَبِثْتُمْ فَٱبْعَثُوٓا۟ أَحَدَكُم بِوَرِقِكُمْ هَٰذِهِۦٓ إِلَى ٱلْمَدِينَةِ فَلْيَنظُرْ أَيُّهَآ أَزْكَىٰ طَعَامًا فَلْيَأْتِكُم بِرِزْقٍ مِّنْهُ وَلْيَتَلَطَّفْ وَلَا يُشْعِرَنَّ بِكُمْ أَحَدًا ﴿١٩﴾

20. Mu vy'ukuri, nihagira abamenya aho muri, baca babatera amabuye gushika mupfe; canke babasubize mw'idini ryabo ryo gusenga ibigirwamana, ico gihe rero ntimuzokwigera mwongera kuronka icobashikana ku ntsinzi y'Ubwami bw'ijuru".

إِنَّهُمْ إِن يَظْهَرُوا۟ عَلَيْكُمْ يَرْجُمُوكُمْ أَوْ يُعِيدُوكُمْ فِى مِلَّتِهِمْ وَلَن تُفْلِحُوٓا۟ إِذًا أَبَدًا ﴿٢٠﴾

21. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twabasinzirije ikiringo kirekire hanyuma Tukabakangura mw'itiro - Twatumye abantu bamenya aho bahungiye[1], kugira bamenye ata gushidikanya ko isezerano ry'Imana Allah ryo kuzura abapfuye ku musi w'izuka, ari iry'ukuri. Ico gihe abantu bababonye bariciyemwo imigwi ku bijanye n'ukwemera izuka ry'ibiremwa; muri bo harimwo abemeye nya zuka ry'ibiremwa, hari n'abandi barihakanye. Iboneka rya benisenga ryabaye igitangaro cemeza ko izuka ry'ibiremwa ari ukuri. Benisenga bamaze kuboneka rero, ntibamaze kabiri, baciye bapfira muri rya senga ry'ibuye, ni ho abatanguye kubabona bavuga bati: "Nimubarekereyo, maze mwubakire umwugariro kw'iryo senga ry'ibuye, burya Imana yabo Rurema Allah, ni Yo Izi neza ukuri ku vyabashikiye". Abaganza muri ico gihe bavuze bati: "Dutegerezwa kububakirako umusigiti[2]".

وَكَذَٰلِكَ أَعْثَرْنَا عَلَيْهِمْ لِيَعْلَمُوٓا۟ أَنَّ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقٌّ وَأَنَّ ٱلسَّاعَةَ لَا رَيْبَ فِيهَآ إِذْ يَتَنَٰزَعُونَ بَيْنَهُمْ أَمْرَهُمْ ۖ فَقَالُوا۟ ٱبْنُوا۟ عَلَيْهِم بُنْيَٰنًا ۖ رَّبُّهُمْ أَعْلَمُ بِهِمْ ۚ قَالَ ٱلَّذِينَ غَلَبُوا۟ عَلَىٰٓ أَمْرِهِمْ لَنَتَّخِذَنَّ عَلَيْهِم مَّسْجِدًا ﴿٢١﴾

[1] Hari inyuma y'aho baboneye amahera y'amadirhamu atagikoreshwa, bari barungikanye umwe muri bo kugira ngo abasumire.

[2] Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mw'iragi ryayo rya nyuma, yarabujije kwubakira umusigiti ku mva z'Abavugishwamana n'aberanda; yaranavumye abakora ivyo, ni nk'uko nyene yabujije muri rusangi kwubaka ku mva, kuzubakira, kuziterako amakaro no kuzandikako; kuko ivyo bishobora kuba imvo y'ibangikanyamana mu gusenga imizimu n'abaganza.

22. Mu bahawe Igitabu, harimwo abazovuga ku bijanye n'igitigiri ca benisenga, ko bari batatu hamwe n'imbwa yabo igira kane; harimwo n'abazovuga ko bari batanu hamwe n'imbwa yabo igira gatandatu. Umugwi wose muri iyo migwi ibiri, uzopfa gukekeranya igitigiri cabo ata cemezo ufise; harimwo n'abazovuga ko benisenga bari indwi hamwe n'imbwa yabo igira umunani. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Imana yanje Rurema Allah, ni Yo Izi neza na neza igitigiri ca benisenga uko kingana. Ni bake cane mu bantu bazi neza na neza igitigiri cabo". Ntugaharire rero n'abahawe Igitabu ku vyerekeye igitigiri ca benisenga, kiretse igihe wobiganira ku vyo wahishuriwe n'Imana Allah gusa; ntuzonabaze n'umwe muri bo ku vyerekeye inkuru ya benisenga kuko ata nkuru y'imvaho bafise.

سَيَقُولُونَ ثَلَٰثَةٞ رَّابِعُهُمۡ كَلۡبُهُمۡ وَيَقُولُونَ خَمۡسَةٞ سَادِسُهُمۡ كَلۡبُهُمۡ رَجۡمَۢا بِٱلۡغَيۡبِۖ وَيَقُولُونَ سَبۡعَةٞ وَثَامِنُهُمۡ كَلۡبُهُمۡۚ قُل رَّبِّيٓ أَعۡلَمُ بِعِدَّتِهِم مَّا يَعۡلَمُهُمۡ إِلَّا قَلِيلٞۗ فَلَا تُمَارِ فِيهِمۡ إِلَّا مِرَآءٗ ظَٰهِرٗا وَلَا تَسۡتَفۡتِ فِيهِم مِّنۡهُمۡ أَحَدٗا ٢٢

23. Ntumwa y'Imana! Ntukavuge ku kintu wipfuza gukora uti: "Ejo ntegerezwa gukora ikintu kanaka";

وَلَا تَقُولَنَّ لِشَايۡءٍ إِنِّي فَاعِلٞ ذَٰلِكَ غَدًا ٢٣

24. Kiretse mu gihe wobikesha Imana Allah mu kuvuga uti: "in shaa Allah" (Imana Allah niyabishaka). Uraheza rero utazire uninahaza Imana Allah nivyashika ukibagira kuyikesha ivyo wipfuza gukora, maze uvuge uti: "Kumbure hari n'aho Imana yanje Rurema Allah Yompa ibitangaro bigaragara gusumba ivyashikiye benisenga, ibitangaro vyotuma abantu bemera ubutumwa bwanje".

إِلَّآ أَن يَشَآءَ ٱللَّهُۚ وَٱذۡكُر رَّبَّكَ إِذَا نَسِيتَ وَقُلۡ عَسَىٰٓ أَن يَهۡدِيَنِ رَبِّي لِأَقۡرَبَ مِنۡ هَٰذَا رَشَدٗا ٢٤

25. Benisenga rero bamaze muri nya senga ry'ibuye imyaka amajana atatu, irengako imyaka icenda[1].

وَلَبِثُواْ فِي كَهۡفِهِمۡ ثَلَٰثَ مِاْئَةٖ سِنِينَ وَٱزۡدَادُواْ تِسۡعٗا ٢٥

26. Ntumwa y'Imana! Niwaramuka ubajijwe ku bijanye n'ikiringo benisenga bamaze basinziriye mw'isenga ry'ibuye, mu gihe ata bumenyi ubifiseko buturutse ku Mana Allah, uraheza wishure uti: "Imana Allah ni Yo Izi neza na neza ikiringo bamazeyo, ni Yo Ifise ubumenyi bw'ibinyegejwe ibiremwa mu majuru no mw'isi, burya ukubona n'ukwumva kwayo, ni igitangaza koko. Ibiremwa nta muhagarikizi n'umwe bifise havuye Imana Allah yobitunganiriza ivyavyo, kandi nta n'umwe muri vyo Ibangikanije na we mu gushinga amateka no kuyashira mu ngiro".

قُلِ ٱللَّهُ أَعۡلَمُ بِمَا لَبِثُواْۖ لَهُۥ غَيۡبُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ أَبۡصِرۡ بِهِۦ وَأَسۡمِعۡۚ مَا لَهُم مِّن دُونِهِۦ مِن وَلِيّٖ وَلَا يُشۡرِكُ فِي حُكۡمِهِۦٓ أَحَدٗا ٢٦

27. Ntumwa y'Imana! Shikiriza ata guhigimanga ivyo wahishuriwe n'Imana yawe Rurema Allah mu Gitabu cayo Qor'ani. Burya Qor'ani, ni Igitabu ata n'umwe ashobora guhindura amajambo yaco ku kuntu atunganijwe mu kuri, eka ntuzoronka n'uwo wohungirako kiretse Yo.

وَٱتۡلُ مَآ أُوحِيَ إِلَيۡكَ مِن كِتَابِ رَبِّكَۖ لَا مُبَدِّلَ لِكَلِمَٰتِهِۦ وَلَن تَجِدَ مِن دُونِهِۦ مُلۡتَحَدٗا ٢٧

[1] Hakurikijwe ikirangamisi cisunga imboneko y'ukwezi.

28. Muvugishwamana! Urihanganira kuguma hafi y'abakene b'abemeramana mu ngendanyi zawe, biyegereza Imana yabo Rurema Allah mu vyo bakora vyose, bakanayisenga ari Imwe Rudende igitondo n'umugoroba, barondera gushimwa na Yo gusa; ntukanabirengagize ngo witwararike abagarariji urondera kuryoherwa n'ibihendamaso vy'ubuzima bw'isi, ntukumvire namba uwagoswe mu kutadutazira atuninahaza Twebwe Allah, maze agatwarwa n'ivyipfuzo vyiwe ha kugamburukira Imana Allah, Iyamuremye, gutyo ivyiwe vyose bigacika impfagusa.

وَٱصۡبِرۡ نَفۡسَكَ مَعَ ٱلَّذِينَ يَدۡعُونَ رَبَّهُم بِٱلۡغَدَوٰةِ وَٱلۡعَشِيِّ يُرِيدُونَ وَجۡهَهُۥۖ وَلَا تَعۡدُ عَيۡنَاكَ عَنۡهُمۡ تُرِيدُ زِينَةَ ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَاۖ وَلَا تُطِعۡ مَنۡ أَغۡفَلۡنَا قَلۡبَهُۥ عَن ذِكۡرِنَا وَٱتَّبَعَ هَوَىٰهُ وَكَانَ أَمۡرُهُۥ فُرُطٗا ٢٨

29. Ntumwa y'Imana! Bwira abagoswe uti: "Burya, ukuri nabazaniye kuva ku Mana yanyu Rurema Allah. Kubera ivyo rero, uwushaka kwemera muri mwebwe, aremera ku neza yiwe; uwushaka kugarariza na we, aragarariza, azoheza abibazwe ku gatwe kiwe". Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarategekanirije abirenganya mu kugarariza, umuriro ubakikuje ku mpande zose; nibagira ngo baratabaje ngo babahembure, bazotabarwa mu guhembuzwa amazi asebuye akaryimara nk'amavuta y'ibinure yahiye, ashishura urukoba rwo mu maso. Ico rero ni co kinyobwa kibi cane bazohembuzwa, n'uwo muriro ni bwo bushikiro bubi cane.

وَقُلِ ٱلۡحَقُّ مِن رَّبِّكُمۡۖ فَمَن شَآءَ فَلۡيُؤۡمِن وَمَن شَآءَ فَلۡيَكۡفُرۡۚ إِنَّآ أَعۡتَدۡنَا لِلظَّٰلِمِينَ نَارًا أَحَاطَ بِهِمۡ سُرَادِقُهَاۚ وَإِن يَسۡتَغِيثُواْ يُغَاثُواْ بِمَآءٖ كَٱلۡمُهۡلِ يَشۡوِي ٱلۡوُجُوهَۚ بِئۡسَ ٱلشَّرَابُ وَسَآءَتۡ مُرۡتَفَقٗا ٢٩

30. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe, bategekanirijwe impembo ibereye; mu vy'ukuri Twebwe Allah, ntidutakaza indishi z'ibikorwa vy'abagwaneza, eka ntitunagabanya namba kuri nya ndishi;

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ إِنَّا لَا نُضِيعُ أَجۡرَ مَنۡ أَحۡسَنَ عَمَلًا ٣٠

31. Abo, ni bo rero bategekanirijwe imirima itotahaye mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni", musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi. Muri nya Bwami bw'ijuru, bazoberwa mu kwambikwa imiringa y'inzahabu, baheze bambare n'impuzu z'urwatsi rubisi zishonywe mw'ihariri yoroshe n'iyiremereye, begamiye ku bitanda vy'iteka bishajije. Iyo rero, ni yo mpembo ishemeye, na nya Bwami bw'ijuru, ni bwo bushikiro bwiza cane.

أُوْلَٰٓئِكَ لَهُمۡ جَنَّٰتُ عَدۡنٖ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهِمُ ٱلۡأَنۡهَٰرُ يُحَلَّوۡنَ فِيهَا مِنۡ أَسَاوِرَ مِن ذَهَبٖ وَيَلۡبَسُونَ ثِيَابًا خُضۡرٗا مِّن سُندُسٖ وَإِسۡتَبۡرَقٖ مُّتَّكِـِٔينَ فِيهَا عَلَى ٱلۡأَرَآئِكِۚ نِعۡمَ ٱلثَّوَابُ وَحَسُنَتۡ مُرۡتَفَقٗا ٣١

32. Ntumwa y'Imana! Abagarariji urabacira agace k'abagabo babiri bigeze kubaho, umwe muri bo akaba yari umwemeramana; uwundi na we akaba umugarariji. Uyo mugarariji, Twebwe Allah Twamuhaye imirima itotahaye ibiri y'imizabibu, ikikujwe n'ibiti vyinshi vy'itende, maze hagati ya nya mirima ibiri, Twahashize indimo z'ibindi biterwa ngirakamaro bitandukanye.

۞وَٱضۡرِبۡ لَهُم مَّثَلٗا رَّجُلَيۡنِ جَعَلۡنَا لِأَحَدِهِمَا جَنَّتَيۡنِ مِنۡ أَعۡنَٰبٖ وَحَفَفۡنَٰهُمَا بِنَخۡلٖ وَجَعَلۡنَا بَيۡنَهُمَا زَرۡعٗا ٣٢

كِلْتَا ٱلْجَنَّتَيْنِ ءَاتَتْ أُكُلَهَا وَلَمْ تَظْلِم مِّنْهُ شَيْـًٔا ۚ وَفَجَّرْنَا خِلَٰلَهُمَا نَهَرًا ﴿٣٣﴾

33. Umurima wose muri nya mirima ibiri, waratanga umwimbu w'ivyamwa utigera ugabanuka. Twari Twacishije hagati ya nya mirima inzuzi ziyivomera vyoroshe;

وَكَانَ لَهُۥ ثَمَرٌ فَقَالَ لِصَٰحِبِهِۦ وَهُوَ يُحَاوِرُهُۥٓ أَنَا۠ أَكْثَرُ مِنكَ مَالًا وَأَعَزُّ نَفَرًا ﴿٣٤﴾

34. Nya mugarariji rero yari afise umwimbu ushemeye, aratunga aratunganirwa, maze igihe kimwe abwira wa mwemeramana amwishimako ati: "Jewe ndakurusha kure n'iyo ubutunzi hamwe n'abakozi nkoresha".

وَدَخَلَ جَنَّتَهُۥ وَهُوَ ظَالِمٌ لِّنَفْسِهِۦ قَالَ مَآ أَظُنُّ أَن تَبِيدَ هَٰذِهِۦٓ أَبَدًا ﴿٣٥﴾

35. Ni ho rero yinjira muri nya murima wiwe yirenganya mu kutemera izuka ry'ibiremwa, maze avuga ahimbajwe n'umwimbu w'ivyamwa vyawo, ati: "Sinibaza ko uwu murima wanje uzokwigera uhona!

وَمَآ أَظُنُّ ٱلسَّاعَةَ قَآئِمَةً وَلَئِن رُّدِدتُّ إِلَىٰ رَبِّى لَأَجِدَنَّ خَيْرًا مِّنْهَا مُنقَلَبًا ﴿٣٦﴾

36. Eka sinibaza ko n'umuhero w'isi uzobaho! Mu gihe vyoshika naho nya muhero w'isi ukabaho, ngasubizwa ku Mana yanje Rurema Allah, nzosangayo ivyiza bisumba uwu murima bindindiriye".

قَالَ لَهُۥ صَاحِبُهُۥ وَهُوَ يُحَاوِرُهُۥٓ أَكَفَرْتَ بِٱلَّذِى خَلَقَكَ مِن تُرَابٍ ثُمَّ مِن نُّطْفَةٍ ثُمَّ سَوَّىٰكَ رَجُلًا ﴿٣٧﴾

37. Mugenziwe w'umwemeramana ni ho yamubwira amuhanura, ati: "Bikugendera gute ngo ugararize Imana Allah Yakuremye mw'ivu ufatiye kw'iremwa rya so Adamu, hanyuma Ikurema mw'ima ry'intanga, hanyuma Irakuringaniza Ikugira umuntu muzima![1].

لَّٰكِنَّا۠ هُوَ ٱللَّهُ رَبِّى وَلَآ أُشْرِكُ بِرَبِّىٓ أَحَدًا ﴿٣٨﴾

38. Ariko jewe sinoba nkawe rero, jewe ndemera ko inkomoko y'impano zose, ari Imana yanje Rurema Allah, kandi sindota ndayibangikanya n'ikintu na kimwe mu biremwa.

وَلَوْلَآ إِذْ دَخَلْتَ جَنَّتَكَ قُلْتَ مَا شَآءَ ٱللَّهُ لَا قُوَّةَ إِلَّا بِٱللَّهِ ۚ إِن تَرَنِ أَنَا۠ أَقَلَّ مِنكَ مَالًا وَوَلَدًا ﴿٣٩﴾

39. Igihe winjira mu murima wawe uhimbajwe n'umwimbu w'ivyamwa, ntiwari gupfuma uvuga uti: "Ico Imana Allah Ishatse kiraba, nta nguvu mfise zo kuronka uwu mwimbu, kiretse ku vyo nshobojwe n'Imana Allah". Niwaba unsuzugura kuko mfise ubutunzi buke n'abana bake;

فَعَسَىٰ رَبِّىٓ أَن يُؤْتِيَنِ خَيْرًا مِّن جَنَّتِكَ وَيُرْسِلَ عَلَيْهَا حُسْبَانًا مِّنَ ٱلسَّمَآءِ فَتُصْبِحَ صَعِيدًا زَلَقًا ﴿٤٠﴾

40. Hari n'aho Imana yanje Rurema Allah Yompa ivyiza bisumba umurima wawe, maze Ikarungika inkuba igakubita nya murima, uwo murima ugahinduka ubukumbagare;

أَوْ يُصْبِحَ مَآؤُهَا غَوْرًا فَلَن تَسْتَطِيعَ لَهُۥ طَلَبًا ﴿٤١﴾

41. Canke ukazinduka usanga amazi avomera nya murima yakamye, ico gihe ntuzopfa usubiriye kuronka amazi yo kuwuvomera".

وَأُحِيطَ بِثَمَرِهِۦ فَأَصْبَحَ يُقَلِّبُ كَفَّيْهِ عَلَىٰ مَآ أَنفَقَ فِيهَا وَهِىَ خَاوِيَةٌ عَلَىٰ عُرُوشِهَا وَيَقُولُ يَٰلَيْتَنِى لَمْ أُشْرِكْ بِرَبِّىٓ أَحَدًا ﴿٤٢﴾

42. Ubutigu bugeze rero, ni ho nya murima waterwa n'ivyago, maze ivyamwa birahona, wa mugarariji asigara akunkumura ibiganza vyiwe (yipfumbereje) n'ishavu n'akantu, yicuza ku gahombo k'umutahe yakoresheje, nya murima ucika akayazwe. Ni ho wa mugarariji yavuga

[1] Iyi Aayah irerekana neza ko Imana Allah Yatanguye kurema, Ishoboye gusubira kurema mu gihe co kuzura ibiremwa.

yishwe n'agahinda n'akantu ati: "Ese iyo menya ubushobozi n'ububasha vy'Imana yanje Rurema Allah, ngaheza ngashima inema zayo, nkareka no kuyibangikanya n'ikintu na kimwe!".

43. Ico gihe rero, abantu yishimira ko bamukikije, nta co bamumariye ngo bamutabare mu bihano vy'Imana Allah, eka ntiyari no kwirwanako ubwiwe ngo arokoke nya bihano.

وَلَمْ تَكُن لَّهُۥ فِئَةٌ يَنصُرُونَهُۥ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَمَا كَانَ مُنتَصِرًا ﴿٤٣﴾

44. Mu gihe c'ivyago rero, ubuhagarikizi n'ubutabazi vy'ukuri, biba ari ivy'Imana Allah, bikaba ari yo ndishi n'iherezo ryiza ku bagamburukiramana.

هُنَالِكَ ٱلْوَلَٰيَةُ لِلَّهِ ٱلْحَقِّ ۚ هُوَ خَيْرٌ ثَوَابًا وَخَيْرٌ عُقْبًا ﴿٤٤﴾

45. Ntumwa y'Imana! Abantu b'amanyama, bacire agace k'ibihendamaso vy'ubuzima bw'isi, ko ari nk'amazi y'imvura Twebwe Allah Tumanura avuye mu bicu azananye mu kirere, nya mazi agatuma ibiterwa bimera bigatotahara ku bushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, maze mu kanya isase nya biterwa bikuma, umuyaga ukabitumura. Burya, Imana Allah Yamye ari Mushoboravyose.

وَٱضْرِبْ لَهُم مَّثَلَ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا كَمَآءٍ أَنزَلْنَٰهُ مِنَ ٱلسَّمَآءِ فَٱخْتَلَطَ بِهِۦ نَبَاتُ ٱلْأَرْضِ فَأَصْبَحَ هَشِيمًا تَذْرُوهُ ٱلرِّيَٰحُ ۗ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ مُّقْتَدِرًا ﴿٤٥﴾

46. Amatungo n'ibibondo rero, ni ibisharizo vy'ubuzima bwo kw'isi. Nayo ibikorwa vyiza vyamaho[1], ni vyo bifise indishi nziza cane gusumba ku Mana yawe Rurema Allah, ni na vyo umuntu wese yizigira, azeyemwo agakiza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

ٱلْمَالُ وَٱلْبَنُونَ زِينَةُ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا ۖ وَٱلْبَٰقِيَٰتُ ٱلصَّٰلِحَٰتُ خَيْرٌ عِندَ رَبِّكَ ثَوَابًا وَخَيْرٌ أَمَلًا ﴿٤٦﴾

47. Ntumwa y'Imana! Ibutsa kandi abantu, umusi Twebwe Allah Twakuye imisozi aho yahora Tukayihotsa, ukabona isi igaragara, ata kiremwa na kimwe kiyisigayeko, maze Tukegeraniriza hamwe ibiremwa vyose, ata na kimwe Turetse muri vyo;

وَيَوْمَ نُسَيِّرُ ٱلْجِبَالَ وَتَرَى ٱلْأَرْضَ بَارِزَةً وَحَشَرْنَٰهُمْ فَلَمْ نُغَادِرْ مِنْهُمْ أَحَدًا ﴿٤٧﴾

48. Maze nya biremwa bigashirwa ku murongo ahabona imbere y'Imana yawe Rurema Allah, Tugaheza Tukabibwira Duti: "Ni ukuri, Twabazuye muca murarenguka ata matungo canke abana mwibangikanije nk'uko Twabaremye ubwa mbere. Bantu mwahakana izuka ry'ibiremwa! Ahubwo mwibajije ko Tutazobagenera isango ryo kubazura, kugira Tubahembere ivyo mwakoze!";

وَعُرِضُوا۟ عَلَىٰ رَبِّكَ صَفًّا لَّقَدْ جِئْتُمُونَا كَمَا خَلَقْنَٰكُمْ أَوَّلَ مَرَّةٍۭ ۚ بَلْ زَعَمْتُمْ أَلَّن نَّجْعَلَ لَكُم مَّوْعِدًا ﴿٤٨﴾

49. Igitabu c'ibikorwa vy'umwumwe wese rero, azogihabwa mu kuboko kwiwe kw'iburyo canke kw'ibubamfu, aho uzobona abanyavyaha batekewe n'ubwoba ku biri muri nya gitabu, bamaze kubona ivyaha birimwo, bazoca bihebura bati: "Amagorwa arama yemwe! Iki ni igitabu nyabaki kitigeze kireka ikintu na kimwe mu

وَوُضِعَ ٱلْكِتَٰبُ فَتَرَى ٱلْمُجْرِمِينَ مُشْفِقِينَ مِمَّا فِيهِ وَيَقُولُونَ يَٰوَيْلَتَنَا مَالِ هَٰذَا ٱلْكِتَٰبِ لَا يُغَادِرُ صَغِيرَةً وَلَا كَبِيرَةً

[1] Na canecane itaziramana ryo kuninahaza Imana Allah, gushimagiza Imana Allah no kuyikuza.

vyo nakoze caba gito canke kinini, kiretse ko canditswe!". Ivyo bakoze vyose kw'isi rero, bazobisanga ng'aho vyaranditswe. Kandi Imana yawe Rurema Allah, ntirenganya umuntu n'umwe mu kurengerezwa urugero rw'ibihano canke kugabanywa ku ndishi, n'aho yoba yakoze akantu kangana n'inzatsa, Izokamuhembera.

إِلَّآ أَحۡصَىٰهَاۚ وَوَجَدُواْ مَا عَمِلُواْ حَاضِرٗاۗ وَلَا يَظۡلِمُ رَبُّكَ أَحَدٗا ٤٩

50. Ibuka n'igihe Twebwe Allah, Twabwiriza abamalayika hamwe na Ibilisi[1] Duti: "Nimwubamire Adamu mumuhe icubahiro kimukwiye", abamalayika baraheza baragamburuka barubama, kiretse Ibilisi yakomoka mu Majini yanse kumwubamira, gutyo acika ikigaba ku kutubahiriza ibwirizwa ry'Imana yiwe Rurema Allah. Bantu! None ni gute mwogira Ibilisi n'uruvyaro rwiwe abahagarikizi banyu mwumvira, ha kunyumvira Jewe Allah, kandi ari bo bansi banyu! Ni bibi cane rero kugamburuka kw'abirenganya mu kwumvira shetani ha kwumvira Imana Allah.

وَإِذۡ قُلۡنَا لِلۡمَلَٰٓئِكَةِ ٱسۡجُدُواْ لِأٓدَمَ فَسَجَدُوٓاْ إِلَّآ إِبۡلِيسَ كَانَ مِنَ ٱلۡجِنِّ فَفَسَقَ عَنۡ أَمۡرِ رَبِّهِۦٓۚ أَفَتَتَّخِذُونَهُۥ وَذُرِّيَّتَهُۥٓ أَوۡلِيَآءَ مِن دُونِي وَهُمۡ لَكُمۡ عَدُوُّۢۚ بِئۡسَ لِلظَّٰلِمِينَ بَدَلٗا ٥٠

51. Ibilisi n'uruvyaro rwiwe mwumvira, sinigeze ndavyifashisha mu kurema amajuru n'isi, eka n'igihe na vyo nyene Ndabirema, sinigeze Nifashisha bimwe muri vyo mu kurema ibindi, ahubwo mbere Naremye ibiremwa vyose ata nkunga canke intege Ntewe n'ikiremwa na kimwe, kira noneho ntivyari binakenewe ko Ngira impuvyi mu mashetani n'ibindi biremwa abafasha banje[2].

مَّآ أَشۡهَدتُّهُمۡ خَلۡقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَلَا خَلۡقَ أَنفُسِهِمۡ وَمَا كُنتُ مُتَّخِذَ ٱلۡمُضِلِّينَ عَضُدٗا ٥١

52. Ntumwa y'Imana! Bibutse kandi, igihe Imana Allah Yabwiye ababangikanyamana ku musi w'izuka, Iti: "Nimuhamagare rero abafasha banje mwubahutse mukambangikanya na bo mu kunsenga, kugira babakingire ibihano vyanje kuri uno musi", maze babasabe ko bobatabara bakabakura mu bihano, habure n'uwoseruka ngo abatabare. Tuzoheza rero Twebwe Allah, Tugenere iyo migwi yompi ubuhonero mu muriro wa Jahannamu.

وَيَوۡمَ يَقُولُ نَادُواْ شُرَكَآءِيَ ٱلَّذِينَ زَعَمۡتُمۡ فَدَعَوۡهُمۡ فَلَمۡ يَسۡتَجِيبُواْ لَهُمۡ وَجَعَلۡنَا بَيۡنَهُم مَّوۡبِقٗا ٥٢

53. Abanyavyaha bazobona umuriro ukuri kwamye, baheze bamenye neza ko ata gisivya batabwa muri wo, nta n'ahandi bazoronka bahungira.

وَرَءَا ٱلۡمُجۡرِمُونَ ٱلنَّارَ فَظَنُّوٓاْ أَنَّهُم مُّوَاقِعُوهَا وَلَمۡ يَجِدُواْ عَنۡهَا مَصۡرِفٗا ٥٣

54. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaratomoreye bikwiye muri Qor'ani abantu, mu gutanga uburorero butandukanye bwotuma banyurwa bakikebuka, bagaheza bakemera. Burya zina kiremwa-muntu wese, yamye ari umuharirizi cane gusumba ibindi biremwa.

وَلَقَدۡ صَرَّفۡنَا فِي هَٰذَا ٱلۡقُرۡءَانِ لِلنَّاسِ مِن كُلِّ مَثَلٖۚ وَكَانَ ٱلۡإِنسَٰنُ أَكۡثَرَ شَيۡءٖ جَدَلٗا ٥٤

[1] Ibilisi, ni izina ry'ikiremwa ca mbere mu Majini, ni na co cahavuye kiba inkomoko y'amajini. Mu Majini rero harimwo abemeramana hakabamwo n'abagarariji (amashetani).

[1] Bishoboka gute rero ko mwobagira abahagarikizi banyu mukabasenga ha kunsenga Jewe Nabaremye!

55. Nta cabujije abantu kwemera igihe bashikirwa n'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yibangikanije uburongozi bwa Qor'ani, bagaheza bagasaba Imana yabo Rurema kubabarirwa ivyaha, kiretse ugushaka guhangana n'Intumwa, bagaheza bagahonywa n'Imana Allah nk'uko Yahoneje abo hambere yabo, canke bagashikirwa n'ibihano imbona nkubone.

وَمَا مَنَعَ ٱلنَّاسَ أَن يُؤْمِنُوٓاْ إِذْ جَآءَهُمُ ٱلْهُدَىٰ وَيَسْتَغْفِرُواْ رَبَّهُمْ إِلَّآ أَن تَأْتِيَهُمْ سُنَّةُ ٱلْأَوَّلِينَ أَوْ يَأْتِيَهُمُ ٱلْعَذَابُ قُبُلًا ﴿٥٥﴾

56. Kandi Twebwe Allah, ntiturungika Intumwa zacu kiretse ko ziheza zigashikiriza abatwumvira inkuru nziza ibahumuriza ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru, zikanagabisha abagabitanya ku bihano vyo mu muriro. N'aho rero ukuri kugaragara, nta kibuza abagarariji guhaririza Intumwa zabo ku butumva bisunga ikinyoma, kugira batsindishe nya kinyoma ukuri atari agaseseshwarumuri, bagaheza rero bakagira Igitabu n'ivyemezo vyanje itebura.

وَمَا نُرْسِلُ ٱلْمُرْسَلِينَ إِلَّا مُبَشِّرِينَ وَمُنذِرِينَ ۚ وَيُجَٰدِلُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِٱلْبَٰطِلِ لِيُدْحِضُواْ بِهِ ٱلْحَقَّ ۖ وَٱتَّخَذُوٓاْ ءَايَٰتِى وَمَآ أُنذِرُواْ هُزُوًا ﴿٥٦﴾

57. Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwibutswa n'ivyemezo vy'Imana yiwe Rurema Allah, maze akavyirengagiza, akanibagira kwisubirako ngo avavanure n'ibikorwa bibi yakoze. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarazibanganije imitima yabo icika agatimatare biturutse ku bugaba bwabo, ntibaheza ngo banyurwe na Qor'ani; Turanaziba n'amatwi yabo maze ntibumviriza Qor'ani ngo igire ico ibunguye; n'aho rero worara urabararikira ukwemera, ntibarota bakwumvira namba, ngo baheze batumbere inzira igororotse.

وَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّن ذُكِّرَ بِـَٔايَٰتِ رَبِّهِۦ فَأَعْرَضَ عَنْهَا وَنَسِىَ مَا قَدَّمَتْ يَدَاهُ ۚ إِنَّا جَعَلْنَا عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ أَكِنَّةً أَن يَفْقَهُوهُ وَفِىٓ ءَاذَانِهِمْ وَقْرًا ۖ وَإِن تَدْعُهُمْ إِلَى ٱلْهُدَىٰ فَلَن يَهْتَدُوٓاْ إِذًا أَبَدًا ﴿٥٧﴾

58. Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Ikaba n'inkomoko y'impuhwe ku biremwa vyayo; iyo rero Ihanira nya biremwa ivyaha n'ibicumuro vy'ivyo vyarondeye kw'isi, ni ukuri Yari kwihutira kubihana, ariko rero Yarabigeneye isango ryo kuzuka kugira Ibiharurire, Iheze Ibihembere ivyo vyakoze, ntibizonaronka kuri nya sango aho bicarukira.

وَرَبُّكَ ٱلْغَفُورُ ذُو ٱلرَّحْمَةِ ۖ لَوْ يُؤَاخِذُهُم بِمَا كَسَبُواْ لَعَجَّلَ لَهُمُ ٱلْعَذَابَ ۚ بَل لَّهُم مَّوْعِدٌ لَّن يَجِدُواْ مِن دُونِهِۦ مَوْئِلًا ﴿٥٨﴾

59. Abahora baba muri turya ducimbiri turi hafi yanyu[1],

وَتِلْكَ ٱلْقُرَىٰٓ أَهْلَكْنَٰهُمْ لَمَّا ظَلَمُواْ

Twebwe Allah Twabahoneje igihe birenganya mu kugarariza, Tukaba Twari Twabageneye isango ryo kubahonya, aho nya sango rigereye rero Twarabahoneje.

وَجَعَلْنَا لِمَهْلِكِهِم مَّوْعِدًا ﴿٥٩﴾

60. Ntumwa y'Imana! Niwibuke n'igihe Musa yabwira umukozi wiwe Yuusha'u mwene Nuuni ati: "Sindota ndeka kubandanya urugendo gushika ngere kw'ihuriro ry'amabahari abiri, canke ngume ngenda ikiringo kirekire

وَإِذْ قَالَ مُوسَىٰ لِفَتَىٰهُ لَآ أَبْرَحُ حَتَّىٰٓ أَبْلُغَ مَجْمَعَ ٱلْبَحْرَيْنِ أَوْ أَمْضِىَ حُقُبًا ﴿٦٠﴾

[1] Uducimbiri tw'abarungikiwe Intumwa Hudi, Swalehe, Luutwi na Shu'ayibu (za nyakugira impuhwe z'Imana Allah).

gushika aho nzohurira n'umuja mweranda, aheze anyigishe ubumenyi ntafise".

فَلَمَّا بَلَغَا مَجْمَعَ بَيْنِهِمَا نَسِيَا حُوتَهُمَا فَٱتَّخَذَ سَبِيلَهُۥ فِى ٱلْبَحْرِ سَرَبًا ﴿٦١﴾

61. Bompi barabandanije urugendo badahesha, bamaze gushika kuri nya huriro ry'amabahari abiri, baraheza baricara kw'ibuye ryari ng'aho kugira baruhuke gato, bakaba bari batekeye impamba igizwe n'ifi yumye, nya fi iramwiyaka ikorokera mu mazi, ica icika nzima, maze iroga igenda ica inzira iboneka mw'ibahari.

فَلَمَّا جَاوَزَا قَالَ لِفَتَىٰهُ ءَاتِنَا غَدَآءَنَا لَقَدْ لَقِينَا مِن سَفَرِنَا هَٰذَا نَصَبًا ﴿٦٢﴾

62. Ni ho rero bava kuri nya buye barabandanya urugendo, bageze imbere Musa yumva inzara imwishe, maze abwira umukozi wiwe Yuusha'u mwene Nuuni ati: "Zana imfungurwa twivune inzara, ni ukuri uru rugendo ruraturuhije pe!".

قَالَ أَرَءَيْتَ إِذْ أَوَيْنَآ إِلَى ٱلصَّخْرَةِ فَإِنِّى نَسِيتُ ٱلْحُوتَ وَمَآ أَنسَىٰنِيهُ إِلَّا ٱلشَّيْطَٰنُ أَنْ أَذْكُرَهُۥ ۚ وَٱتَّخَذَ سَبِيلَهُۥ فِى ٱلْبَحْرِ عَجَبًا ﴿٦٣﴾

63. Yuusha'u mwene Nuuni yamwishuye ati: "Mbega uribuka hamwe twicara kuri rya buye ngo turuhuke! Ni ukuri nibagiye kukubwira ivyashikiye ya fi yumye, kandi nta canyibagije kubikubwira atari shetani. Uzi n'inkuru, ya fi yumye rero yacitse nzima maze isimbira mw'ibahari, iraheza iroga igenda ica inzira iboneka mw'ibahari mu buryo butangaje koko".

قَالَ ذَٰلِكَ مَا كُنَّا نَبْغِ ۚ فَٱرْتَدَّا عَلَىٰٓ ءَاثَارِهِمَا قَصَصًا ﴿٦٤﴾

64. Musa aramubwira ati: "Ivyo vyashitse rero, ni co kimenyetso twarondera kidushikana aho umuja mweranda ari". Ni ho rero basubira inyuma bagenda bakurikira ibirenge gushika kuri nya buye.

فَوَجَدَا عَبْدًا مِّنْ عِبَادِنَآ ءَاتَيْنَٰهُ رَحْمَةً مِّنْ عِندِنَا وَعَلَّمْنَٰهُ مِن لَّدُنَّا عِلْمًا ﴿٦٥﴾

65. Bahashitse, bahasanze umuja mweranda[1] mu baja bacu Twebwe Allah Twahaye impuhwe zivuye iwacu, Tumwigisha n'ubumenyi buhambaye buvuye iwacu.

قَالَ لَهُۥ مُوسَىٰ هَلْ أَتَّبِعُكَ عَلَىٰٓ أَن تُعَلِّمَنِ مِمَّا عُلِّمْتَ رُشْدًا ﴿٦٦﴾

66. Maze Musa aramuramutsa amahoro y'Imana Allah, aca amubwira ati: "Wonkundira ga mugenzi nkagukurikira kugira unyigishe mu vyo wigishijwe n'Imana Allah, biheze bingirire akamaro?".

قَالَ إِنَّكَ لَن تَسْتَطِيعَ مَعِىَ صَبْرًا ﴿٦٧﴾

67. Khadwiri araheza yishura Musa ati: "Mu vy'ukuri, wewe ntushoboye kwihanganira kugumana nanje;

وَكَيْفَ تَصْبِرُ عَلَىٰ مَا لَمْ تُحِطْ بِهِۦ خُبْرًا ﴿٦٨﴾

68. Ni gute wokwihanganira ivyo mpava nkora turi kumwe, kandi utigeze ugira ico ubiziko!".

قَالَ سَتَجِدُنِىٓ إِن شَآءَ ٱللَّهُ صَابِرًا وَلَآ أَعْصِى لَكَ أَمْرًا ﴿٦٩﴾

69. Musa abwira Khadwiri ati: "Imana Allah niyabishaka, uza gusanga nihanganira ivyo nza kubona ugira vyose, kandi sinca kubiri n'ico untegetse gukora".

قَالَ فَإِنِ ٱتَّبَعْتَنِى فَلَا تَسْـَٔلْنِى عَن شَىْءٍ حَتَّىٰٓ أُحْدِثَ لَكَ مِنْهُ ذِكْرًا ﴿٧٠﴾

70. Khadwiri araheza yemerera Musa kumukurikira, aca amubwira ati: "Niwaba wemeye ko dufadikanya urugendo rero, ndagusavye ntuze guhirahira ngo umbaze ku vyo uza

[1] Uyo muja mweranda w'Imana Allah, ni Umuvugishwamana Khadwiri (nyakugira impuhwe z'Imana Allah), yari yaramaze guhwera.

kubona nkoze umutima wawe utavyemera, gushika jewe nyene ubwanje ndakwiganiye icatumye ndabikora”.

فَٱنطَلَقَا حَتَّىٰٓ إِذَا رَكِبَا فِى ٱلسَّفِينَةِ خَرَقَهَا ۖ قَالَ أَخَرَقْتَهَا لِتُغْرِقَ أَهْلَهَا لَقَدْ جِئْتَ شَيْـًٔا إِمْرًا ﴿٧١﴾

71. Ni ho rero bafatanya urugendo ku nkengera z’ibahari, haza ubwato maze barasaba ko bobunguruza. Bamaze kwurira muri nya bwato, Khadwiri aca yomora urubaho kuri nya bwato. Musa aca avuga n’ishavu n’akantu, ati: “Wononye ubu bwato kugira butwarwe hamwe n’abarimwo, kandi batwunguruje ata co turinze kuriha! Ni ukuri, ugize ikintu kibi cane ntashobora kwihanganira ngo ndacemere!”.

قَالَ أَلَمْ أَقُلْ إِنَّكَ لَن تَسْتَطِيعَ مَعِىَ صَبْرًا ﴿٧٢﴾

72. Khadwiri aca abwira Musa amwibutsa ivyo basezeranye ati: “Sinari nakubwiye ko mu vy’ukuri wewe udashoboye kwihanganira kugumana nanje!”.

قَالَ لَا تُؤَاخِذْنِى بِمَا نَسِيتُ وَلَا تُرْهِقْنِى مِنْ أَمْرِى عُسْرًا ﴿٧٣﴾

73. Musa aca arasaba imbabazi, araheza amubwira yinegura ati: “Ntumfatire ku kwibagira ivyo twasezeranye ngo ubimpore, kandi ntunzanire amananiza mu kunyigisha, ahubwo ntwara bukebuke”.

فَٱنطَلَقَا حَتَّىٰٓ إِذَا لَقِيَا غُلَٰمًا فَقَتَلَهُۥ قَالَ أَقَتَلْتَ نَفْسًا زَكِيَّةًۢ بِغَيْرِ نَفْسٍ لَّقَدْ جِئْتَ شَيْـًٔا نُّكْرًا ﴿٧٤﴾

74. Khadwiri araheza arababarira Musa maze barabandanya urugendo ku nkengera z’ibahari, ni ho babona imisore igeze mu bigero, maze Khadwiri afata umwe muri nya misore aca aramwica. Musa n’ishavu n’akantu aca abwira Khadwiri ati: “Vyoshoboka gute ko wica umusore ataragera kubazwa ku vyo akora, kandi ata n’uwo yishe ngo ahanishwe igihano co kwicwa! Ni ukuri, ugize ikintu kibi, kizira cane!”.

۞قَالَ أَلَمْ أَقُل لَّكَ إِنَّكَ لَن تَسْتَطِيعَ مَعِىَ صَبْرًا ﴿٧٥﴾

75. Khadwiri araheza abwira Musa amwibutsa kandi ivyo basezeranye ati: “Sinari nakubwiye ko mu vy’ukuri, wewe udashobora kwihanganira kugumana nanje!”.

قَالَ إِن سَأَلْتُكَ عَن شَىْءٍۭ بَعْدَهَا فَلَا تُصَٰحِبْنِى ۖ قَدْ بَلَغْتَ مِن لَّدُنِّى عُذْرًا ﴿٧٦﴾

76. Musa yishura Khadwiri ati: “Ninasubira kukubaza ku kintu na kimwe inyuma y’aha, ntubandanye uri kumwe nanje, ni ukuri wanyihanganiye bikwiye, kandi wari wamburiye ko ntashobora kwihanganira ivyo ugira turi kumwe”.

فَٱنطَلَقَا حَتَّىٰٓ إِذَآ أَتَيَآ أَهْلَ قَرْيَةٍ ٱسْتَطْعَمَآ أَهْلَهَا فَأَبَوْا۟ أَن يُضَيِّفُوهُمَا فَوَجَدَا فِيهَا جِدَارًا يُرِيدُ أَن يَنقَضَّ فَأَقَامَهُۥ ۖ قَالَ لَوْ شِئْتَ لَتَّخَذْتَ عَلَيْهِ أَجْرًا ﴿٧٧﴾

77. Musa na Khadwiri baraheza barabandanya urugendo, baca mu gacimbiri kari aho, maze basaba abantu bakabamwo ko bobazimana induhuro y’umushitsi, ba bantu baranka kubazimana. Ni ho basanga muri nya gacimbiri uruhome rwari mu guhenuka, Khadwiri araheza asanura nya ruhome ruragororoka, maze Musa aca abwira Khadwiri ati: “Vyari kuba vyiza usavye impembo kuri ico gikorwa co gusanura uruhome, kugira dusume ivyo dufungura, mu gihe na bo batwimye induhuro y’umushitsi”.

قَالَ هَٰذَا فِرَاقُ بَيْنِى وَبَيْنِكَ ۚ سَأُنَبِّئُكَ بِتَأْوِيلِ مَا لَمْ تَسْتَطِع عَّلَيْهِ صَبْرًا ﴿٧٨﴾

78. Ni ho Khadwiri yabwira Musa ati: “Aho vyakabereye, ubu rero, harageze ko dutandukana, untunge unkundire

ndakwiganire imvo n'imvano y'ivyo nagiye ndagira vyakunaniye kwihanganira;

79. Nayo ubwato nomoyeko urubaho bukononekara, bwari ubw'abakene batagira shinge na rugero, bakorera mu bijanye no kwunguruza ibintu n'abantu mw'ibahari, nca nshaka kubutera akanenge kuko hirya ya nya bakene, hari umwami yambura akigarurira ubwato bwose abonye bugikomeye;

أَمَّا ٱلسَّفِينَةُ فَكَانَتْ لِمَسَٰكِينَ يَعْمَلُونَ فِى ٱلْبَحْرِ فَأَرَدتُّ أَنْ أَعِيبَهَا وَكَانَ وَرَآءَهُم مَّلِكٌ يَأْخُذُ كُلَّ سَفِينَةٍ غَصْبًا ﴿٧٩﴾

80. Nayo wa musore nafata nkaca ndamwica, mu vyagezwe kuri we, yobaye umugarariji mu gihe abavyeyi biwe ari abemeramana, ni ho rero twagira impungenge ko mu gihe nya musore yokura, yohava abera abavyeyi biwe imvo yo kugagaza no kugarariza, bivanye n'uko bamwikorako mu twankenerwa;

وَأَمَّا ٱلْغُلَٰمُ فَكَانَ أَبَوَاهُ مُؤْمِنَيْنِ فَخَشِينَآ أَن يُرْهِقَهُمَا طُغْيَٰنًا وَكُفْرًا ﴿٨٠﴾

81. Hari mu ntumbero rero yo gushaka ko nya bavyeyi, Imana yabo Rurema Allah Yobaha uwundi mwana azobabera intore, akabubaha akabubahiriza;

فَأَرَدْنَآ أَن يُبْدِلَهُمَا رَبُّهُمَا خَيْرًا مِّنْهُ زَكَوٰةً وَأَقْرَبَ رُحْمًا ﴿٨١﴾

82. Nayo rwa ruhome rwari mu guhenuka nkarusanura rugaheza rukagororoka, rwari urw'abana babiri b'impfuvyi baba muri kirya gisagara nyene, musi ya nya ruhome hari hanyegeje ubutunzi basigiwe n'umuvyeyi wabo bugizwe n'inzahabu n'umwakaka, umuvyeyi wabo na we akaba yari umuntu w'umweranda. Ni ho rero Imana yawe Rurema Allah Yashaka ko bagera mu bigero, bagaheza bakimba musi ya nya ruhome, bakaronka nya butunzi ku mpuhwe z'Imana yawe Rurema Allah. Ivyo vyose rero nakoze, sinabikoze ku bushake bwanje, ahubwo nabikoze kw'ibwirizwa ry'Imana Allah. Ng'izo rero imvo n'imvano zatumye nkora ivyo utashoboye kwihanganira kureka kumbaza no kunyiyama gushika ndakwiganiye igituma nabikoze".

وَأَمَّا ٱلْجِدَارُ فَكَانَ لِغُلَٰمَيْنِ يَتِيمَيْنِ فِى ٱلْمَدِينَةِ وَكَانَ تَحْتَهُۥ كَنزٌ لَّهُمَا وَكَانَ أَبُوهُمَا صَٰلِحًا فَأَرَادَ رَبُّكَ أَن يَبْلُغَآ أَشُدَّهُمَا وَيَسْتَخْرِجَا كَنزَهُمَا رَحْمَةً مِّن رَّبِّكَ ۚ وَمَا فَعَلْتُهُۥ عَنْ أَمْرِى ۚ ذَٰلِكَ تَأْوِيلُ مَا لَمْ تَسْطِع عَّلَيْهِ صَبْرًا ﴿٨٢﴾

83. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana barakubaza ku nkuru y'umwami mweranda Dhu l-Qarnayini[1]! Bishure uti: "Mpava ndabacira ku mayange inkuru yiwe, iheze ibabere inkebuzo".

وَيَسْـَٔلُونَكَ عَن ذِى ٱلْقَرْنَيْنِ ۖ قُلْ سَأَتْلُوا۟ عَلَيْكُم مِّنْهُ ذِكْرًا ﴿٨٣﴾

84. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twaratsimbataje umwami Dhu l-Qarnayini kw'isi, Turaheza Tumuha uburyo n'inguvu bimushoboza gushika ku ntsinzi iyo ari yo yose yipfuza.

إِنَّا مَكَّنَّا لَهُۥ فِى ٱلْأَرْضِ وَءَاتَيْنَٰهُ مِن كُلِّ شَىْءٍ سَبَبًا ﴿٨٤﴾

85. Ni ho rero yakoresha ubwo buryo n'inguvu ata guhesha.

فَأَتْبَعَ سَبَبًا ﴿٨٥﴾

[1] Dhu l-Qarnayini avugwa ng'aha, ni umwami w'umweranda, akaba yari n'umwislamu w'intungane yahawe ububasha n'Imana Allah bwo gutwara isi guhera mu buseruko gushika mu burengero bwayo, akaba yaranaharaniye gukwiragiza ubwislamu n'ubutungane aho hose yashika kw'isi, akanarwanya n'akarenganyo.

86. Umwami Dhu l-Qarnayini rero, yaragiye gushika n'aho amaze kugera mu burengero bw'izuba, yasanze izuba riboneka nk'aho rirengera mw'iriba ry'amazi arimwo ivu ryirabura; muri nya burengero bw'izuba yahasanze abantu b'abahakanyi. Twebwe Allah Twamubwiye Duti: "Ewe Dhu l-Qarnayini! Nibatemera Imana Imwe Rudende Allah, ushatse urabaha igihano co kwicwa, canke ubagirire ubugwaneza uheze ubigishe, maze ubarongore mu nzira igororotse".

حَتَّىٰٓ إِذَا بَلَغَ مَغۡرِبَ ٱلشَّمۡسِ وَجَدَهَا تَغۡرُبُ فِي عَيۡنٖ حَمِئَةٖ وَوَجَدَ عِندَهَا قَوۡمٗاۗ قُلۡنَا يَٰذَا ٱلۡقَرۡنَيۡنِ إِمَّآ أَن تُعَذِّبَ وَإِمَّآ أَن تَتَّخِذَ فِيهِمۡ حُسۡنٗا ٨٦

87. Umwami Dhu l-Qarnayini yahisemwo kubigisha, aca avuga ati: "Uwirenganije muri bo agatsimbatara ku bugarariji, tuzomuhanisha igihano co kwicwa ng'aha kw'isi, hanyuma niyasubizwa ku Mana yiwe Rurema Allah, Iheze Imuhe ibihano rutura mu muriro wa Jahannamu;

قَالَ أَمَّا مَن ظَلَمَ فَسَوۡفَ نُعَذِّبُهُۥ ثُمَّ يُرَدُّ إِلَىٰ رَبِّهِۦ فَيُعَذِّبُهُۥ عَذَابٗا نُّكۡرٗا ٨٧

88. Nayo uwemeye Imana Allah agakora n'ivyiza bitegetswe, azoheza ahabwe indishi nziza, tuzonamworohereza mu mvugo n'ingiro, maze tuyage neza tunabane na we neza".

وَأَمَّا مَنۡ ءَامَنَ وَعَمِلَ صَٰلِحٗا فَلَهُۥ جَزَآءَ ٱلۡحُسۡنَىٰۖ وَسَنَقُولُ لَهُۥ مِنۡ أَمۡرِنَا يُسۡرٗا ٨٨

89. Umwami Dhu l-Qarnayini yarahejeje asubira mu buseruko akoresheje uburyo n'inguvu yahawe n'Imana Allah.

ثُمَّ أَتۡبَعَ سَبَبٗا ٨٩

90. Yaragiye, gushika n'aho amaze kugera mu buseruko bw'izuba, yasanze izuba riseruka rikarasira ku bantu, Twebwe Allah Tutigeze Duha inyubakwa canke ibiti bibakingira izuba.

حَتَّىٰٓ إِذَا بَلَغَ مَطۡلِعَ ٱلشَّمۡسِ وَجَدَهَا تَطۡلُعُ عَلَىٰ قَوۡمٖ لَّمۡ نَجۡعَل لَّهُم مِّن دُونِهَا سِتۡرٗا ٩٠

91. Ni ukuri, ni nk'uko rero Twebwe Allah, ubumenyi bwacu bwakikuje uburyo n'inguvu Twahaye Dhu l-Qarnayini, akazikoresha ku neza aho agiye hose.

كَذَٰلِكَۖ وَقَدۡ أَحَطۡنَا بِمَا لَدَيۡهِ خُبۡرٗا ٩١

92. Mu nyuma y'aho, Dhu l-Qarnayini yarabandanije akoresha uburyo n'inguvu Twamuhaye ata guhesha;

ثُمَّ أَتۡبَعَ سَبَبٗا ٩٢

93. Aragenda gushika n'aho amaze kugera hagati na hagati y'imisozi ibiri ikingiriye ibiri hakurya, hakuno ya nya misozi yahasanze abantu bahakwa kudatahura ururimi rw'abandi bantu;

حَتَّىٰٓ إِذَا بَلَغَ بَيۡنَ ٱلسَّدَّيۡنِ وَجَدَ مِن دُونِهِمَا قَوۡمٗا لَّا يَكَادُونَ يَفۡقَهُونَ قَوۡلٗا ٩٣

94. Nya bantu bavuze bati: "Ewe Dhu l-Qarnayini! Mu vy'ukuri "Ya-juuja na Ma-juuja[1]", ni abantu bagenzwa n'ubwononyi kw'isi, none tukugenere impembo uheze utugirire uruzitiro-ntamenwa rudukingira rukadutandukanya na bo?".

قَالُواْ يَٰذَا ٱلۡقَرۡنَيۡنِ إِنَّ يَأۡجُوجَ وَمَأۡجُوجَ مُفۡسِدُونَ فِي ٱلۡأَرۡضِ فَهَلۡ نَجۡعَلُ لَكَ خَرۡجًا عَلَىٰٓ أَن تَجۡعَلَ بَيۡنَنَا وَبَيۡنَهُمۡ سَدّٗا ٩٤

95. Dhu l-Qarnayini yabishuye ati: "Ivyo Imana yanje Rurema Allah Yampaye mu bwami no gutsimbatazwa kw'isi, ni vyo vyiza gusumba impembo mwongenera, enda

قَالَ مَا مَكَّنِّي فِيهِ رَبِّي خَيۡرٞ فَأَعِينُونِي بِقُوَّةٍ أَجۡعَلۡ بَيۡنَكُمۡ وَبَيۡنَهُمۡ رَدۡمًا ٩٥

[1] Ni amoko abiri y'abantu b'ibihangange muri Bene Adamu.

nyabuna rero, nimuntere inkunga, mumfashe n'inguvu zanyu zose, mpeze ndabagirire uruzitiro-ntamenwa rubakingira rukabatandukanya na bo;

96. Nimumpe ibigegene vy'ivyuma". Ni uko rero ba bantu barazanye ibigegene vy'ivyuma gushika n'aho bigera ku burebure bwa ya misozi, Dhu l-Qarnayini aca ababwira ati: "Nimucane umucanwa maze muvube". Vya bigegene vy'ivyuma bimaze gufata umucanwa bigatukura, Dhu l-Qarnayini yaciye ababwira ati: "Nimumpe rero ubutare bw'umujumpu, mpeze ndabuyagirize kuri ibi bigegene vy'ivyuma".

ءَاتُونِى زُبَرَ ٱلْحَدِيدِ ۖ حَتَّىٰٓ إِذَا سَاوَىٰ بَيْنَ ٱلصَّدَفَيْنِ قَالَ ٱنفُخُوا۟ ۖ حَتَّىٰٓ إِذَا جَعَلَهُۥ نَارًا قَالَ ءَاتُونِىٓ أُفْرِغْ عَلَيْهِ قِطْرًا ﴿٩٦﴾

97. Kuva ico gihe rero, Ya-juuja na Ma-juuja ntibashoboye kwurira ngo basimbe maze basohoke muri nya ruzitiro, eka ntibashoboye no kurutobora ngo barumene.

فَمَا ٱسْطَٰعُوٓا۟ أَن يَظْهَرُوهُ وَمَا ٱسْتَطَٰعُوا۟ لَهُۥ نَقْبًا ﴿٩٧﴾

98. Dhu l-Qarnayini amaze guheza kwubaka nya ruzitiro yavuze ati: "Uru ruzitiro-ntamenwa narwubatse ku mpuhwe z'Imana yanje Rurema Allah Igiriye abantu, nihagera rero isezerano ry'Imana yanje Rurema Allah ryo kurekura Ya-juuja na Ma-juuja, Imana Allah Izoca Isenyura nya ruzitiro, kandi isezerano ry'Imana yanje Rurema Allah ni iry'ukuri".

قَالَ هَٰذَا رَحْمَةٌ مِّن رَّبِّى ۖ فَإِذَا جَآءَ وَعْدُ رَبِّى جَعَلَهُۥ دَكَّآءَ ۖ وَكَانَ وَعْدُ رَبِّى حَقًّا ﴿٩٨﴾

99. Umusi nya ruzitiro rwasenyutse, Twebwe Allah, Tuzorekura Ya-juuja na Ma-juuja bashwiragire maze bahungabanye abantu gushika ku muhero w'isi, hanyuma inzamba igira kabiri yo kuzuka ivuzwe, Duheze Twegeranirize ibiremwa vyose hamwe, kugira Tubiharurire maze Tubihembere ivyo vyakoze.

۞ وَتَرَكْنَا بَعْضَهُمْ يَوْمَئِذٍ يَمُوجُ فِى بَعْضٍ ۖ وَنُفِخَ فِى ٱلصُّورِ فَجَمَعْنَٰهُمْ جَمْعًا ﴿٩٩﴾

100. Kuri uwo musi w'izuka rero, Twebwe Allah Tuzogaragariza abagarariji umuriro wa Jahannamu, bawubone ukuri kwamye;

وَعَرَضْنَا جَهَنَّمَ يَوْمَئِذٍ لِّلْكَٰفِرِينَ عَرْضًا ﴿١٠٠﴾

101. Abipfutse mu maso mu kunyirengagiza no kutabona ivyemezo vyanje bakiri kw'isi, bakaba batanashoboye no kwumva ivyemezo vyanje ku kwanka ko vyotuma bemera Imana Allah n'Intumwa yayo.

ٱلَّذِينَ كَانَتْ أَعْيُنُهُمْ فِى غِطَآءٍ عَن ذِكْرِى وَكَانُوا۟ لَا يَسْتَطِيعُونَ سَمْعًا ﴿١٠١﴾

102. Mbega abagararije, bibwira ko bogira abaja banje ibigirwamana mu gishingo canje kugira ngo bibabere abahagarikizi, Tukareka kubibahanira! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarateguriye abagarariji umuriro wa Jahannamu kuba ari bwo bushikiro bwabo.

أَفَحَسِبَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ أَن يَتَّخِذُوا۟ عِبَادِى مِن دُونِىٓ أَوْلِيَآءَ ۚ إِنَّآ أَعْتَدْنَا جَهَنَّمَ لِلْكَٰفِرِينَ نُزُلًا ﴿١٠٢﴾

103. Ntumwa y'Imana! Kebura abantu ubabwire uti: "Mbega ndabiganire abantu bari mu ruhombo rw'ivyo bakoze!

قُلْ هَلْ نُنَبِّئُكُم بِٱلْأَخْسَرِينَ أَعْمَٰلًا ﴿١٠٣﴾

104. Ni abantu ivyo bakoze vyose kw'isi vyababereye impfagusa, kandi babikoze biyumvira ko bakora vyiza;

ٱلَّذِينَ ضَلَّ سَعۡيُهُمۡ فِي ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَا وَهُمۡ يَحۡسَبُونَ أَنَّهُمۡ يُحۡسِنُونَ صُنۡعًا ﴿١٠٤﴾

105. Abo, ni bo rero bagararije bagahakana bivuye inyuma ivyemezo vy'Imana yabo Rurema Allah, baranahakana ko bazozuka bagahura na Yo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kugira Ibahembere ivyo bakoze. Iryo gariza n'ihakana rero, vyatumye ibikorwa vyabo bihunguruka bicika impfagusa". Kubera ivyo rero, Twebwe Allah, ntituzobaha icubahiro namba ku musi w'izuka;

أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِـَٔايَٰتِ رَبِّهِمۡ وَلِقَآئِهِۦ فَحَبِطَتۡ أَعۡمَٰلُهُمۡ فَلَا نُقِيمُ لَهُمۡ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ وَزۡنٗا ﴿١٠٥﴾

106. Indishi yabo bategekanirijwe, ni umuriro wa Jahannamu bazohanishwa kubera ukuntu bagarariza Imana Allah, bagafata Aayah n'ivyemezo vyayo bashikirizwa n'Intumwa zayo, bakabiteburako.

ذَٰلِكَ جَزَآؤُهُمۡ جَهَنَّمُ بِمَا كَفَرُواْ وَٱتَّخَذُوٓاْ ءَايَٰتِي وَرُسُلِي هُزُوًا ﴿١٠٦﴾

107. Mu vy'ukuri abanyemeye Jewe Allah n'Intumwa zanje, bagakora n'ivyiza bitegetswe, barategekanirijwe Ubwami bw'ijuru ry'iteka "Firdawsi" kuba ari bwo bushikiro bwabo;

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ كَانَتۡ لَهُمۡ جَنَّٰتُ ٱلۡفِرۡدَوۡسِ نُزُلًا ﴿١٠٧﴾

108. Bazobubamwo ibihe bidahera, ntibazonarota na gato babuvamwo.

خَٰلِدِينَ فِيهَا لَا يَبۡغُونَ عَنۡهَا حِوَلٗا ﴿١٠٨﴾

109. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Iyo amazi y'ibahari acika irangi ry'ikaramu zokwandika amajambo y'Imana Allah yerekeye ubumenyi n'ingingo vyayo, ivyo Ihishurira abamalayika n'Intumwa zayo, nya mazi y'amabahari yose yokamye imbere yuko amajambo y'Imana yanje Rurema Allah ahera kwandikwa"; n'aho Twebwe Allah Twozana ayandi mabahari asahiriza ayasanzwe ari kw'isi, yokamye yose.

قُل لَّوۡ كَانَ ٱلۡبَحۡرُ مِدَادٗا لِّكَلِمَٰتِ رَبِّي لَنَفِدَ ٱلۡبَحۡرُ قَبۡلَ أَن تَنفَدَ كَلِمَٰتُ رَبِّي وَلَوۡ جِئۡنَا بِمِثۡلِهِۦ مَدَدٗا ﴿١٠٩﴾

110. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Mu vy'ukuri jewe ndi umuntu nkamwe, mpishurirwa n'Imana Allah ko mu vy'ukuri, Imana yanyu ari Imana Imwe Rudende Allah; uwo wese rero yizera ko azozuka agahura n'Imana yiwe Rurema Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa kugira Imuhembere ivyo yakoze, nakore ibikorwa vyiza bitegetswe, kandi ntabangikanye Imana yiwe Rurema Allah n'ikintu na kimwe mu biremwa mu kuyiyegereza ayisenga".

قُلۡ إِنَّمَآ أَنَا۠ بَشَرٞ مِّثۡلُكُمۡ يُوحَىٰٓ إِلَيَّ أَنَّمَآ إِلَٰهُكُمۡ إِلَٰهٞ وَٰحِدٞۖ فَمَن كَانَ يَرۡجُواْ لِقَآءَ رَبِّهِۦ فَلۡيَعۡمَلۡ عَمَلٗا صَٰلِحٗا وَلَا يُشۡرِكۡ بِعِبَادَةِ رَبِّهِۦٓ أَحَدَۢا ﴿١١٠﴾

19. Mar-yam (Mariyamu)
Aayah 98, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Kaaf Haa Yaa 'Aiin Swaad[1].

كٓهيعٓصٓ ﴿١﴾

2. Tugira Tugucire ku mayange ku bijanye n'impuhwe z'Imana yawe Rurema Allah ku Muja wayo Zakariya[2];

ذِكۡرُ رَحۡمَتِ رَبِّكَ عَبۡدَهُۥ زَكَرِيَّآ ﴿٢﴾

3. Igihe yatakambira Imana yiwe Rurema Allah, akayisaba mw'ibanga nta ngere aho yari yihereereye kugira Imwumvire;

إِذۡ نَادَىٰ رَبَّهُۥ نِدَآءً خَفِيًّا ﴿٣﴾

4. Agaheza akavuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri ngeze mu zabukuru, amagufa y'umubiri yaramaze guturagara, n'umutwe wose ntiworaba n'imvi zigendera, kandi sinigeze ndeka kwemererwa igisabo ndagusavye Mana yanje Rurema Allah;

قَالَ رَبِّ إِنِّي وَهَنَ ٱلۡعَظۡمُ مِنِّي وَٱشۡتَعَلَ ٱلرَّأۡسُ شَيۡبٗا وَلَمۡ أَكُنۢ بِدُعَآئِكَ رَبِّ شَقِيّٗا ﴿٤﴾

5. Mu vy'ukuri, ndafise impungenge ko abo nzoraga inyuma y'urupfu rwanje, batazoshobora guhagararira bikwiye idini ryawe mu kurarikira abantu kuryemera, bitayeko n'umukenyezi wanje na we akaba ari ingumba, ndagusavye rero ko Wondonsa umwana w'umuhungu yombera samuragwa akambera n'umufasha;

وَإِنِّي خِفۡتُ ٱلۡمَوَٰلِيَ مِن وَرَآءِي وَكَانَتِ ٱمۡرَأَتِي عَاقِرٗا فَهَبۡ لِي مِن لَّدُنكَ وَلِيّٗا ﴿٥﴾

6. Akazotorana ubutumwa bwanje n'ubutumwa bwa Bene Yakubu; kandi ndagusavye Mana yanje Rurema Allah, Uzomugire umwana Ushimishwa n'ivyo akora, agashimwa n'abantu".

يَرِثُنِي وَيَرِثُ مِنۡ ءَالِ يَعۡقُوبَۖ وَٱجۡعَلۡهُ رَبِّ رَضِيّٗا ﴿٦﴾

7. Ni ho rero Imana Allah Yahamagara Iti: "Ewe Zakariya! Twebwe Allah, ni ukuri Twakwumviye igisabisho cawe, Turaguhaye inkuru nziza y'ihumure ko uzokwibaruka umwana w'umuhungu yitwa Yahya, iryo zina ntitwigeze Turyita umuntu n'umwe aho hambere ngo abe mazina yiwe".

يَٰزَكَرِيَّآ إِنَّا نُبَشِّرُكَ بِغُلَٰمٍ ٱسۡمُهُۥ يَحۡيَىٰ لَمۡ نَجۡعَل لَّهُۥ مِن قَبۡلُ سَمِيّٗا ﴿٧﴾

8. Zakariya araheza aritangaza ati: "Mana yanje Rurema Allah! Vyoshoboka gute ko nibaruka umwana w'umuhungu, kandi n'umukenyezi wanje ari ingumba, bitayeko nkaba nanje naramaze gusaza!".

قَالَ رَبِّ أَنَّىٰ يَكُونُ لِي غُلَٰمٞ وَكَانَتِ ٱمۡرَأَتِي عَاقِرٗا وَقَدۡ بَلَغۡتُ مِنَ ٱلۡكِبَرِ عِتِيّٗا ﴿٨﴾

9. Umumalayika yishuye Zakariya ati: "N'aho biri nk'ukwo ubivuze, Imana yawe Rurema Allah Yavuze Iti: "Irema rya Yahya riroroshe cane kuri Jewe. Ni ukuri, Naranakuremye wewe imbere y'irema rya Yahya kandi utari bwabeho"".

قَالَ كَذَٰلِكَ قَالَ رَبُّكَ هُوَ عَلَيَّ هَيِّنٞ وَقَدۡ خَلَقۡتُكَ مِن قَبۡلُ وَلَمۡ تَكُ شَيۡـٔٗا ﴿٩﴾

10. Zakariya yashotse avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ngirira rero ikimenyetso nzomenyerako ko umukenyezi wanje yamaze gusama!". Imana Allah Yamubwiye Iti: "Ikimenyetso Ndakugiriye, ni uko utazoshobora kuvugana n'abantu mu kiringo c'amajoro atatu n'imirango yayo, bidaturutse ku ndwara".

قَالَ رَبِّ ٱجۡعَل لِّيٓ ءَايَةٗۚ قَالَ ءَايَتُكَ أَلَّا تُكَلِّمَ ٱلنَّاسَ ثَلَٰثَ لَيَالٖ سَوِيّٗا ﴿١٠﴾

---

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

[2] Ni Umuvugishwamana muri Bene Israyeli, yari umubaji akaba n'umugabo wa nyinabo w'Intumwa Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah).

11. Ni ho rero Zakariya yava aho yari yihererey e, araheza aja aho abantu bamubona aca abereka n'ukuboko ati: "Nimuninahaze mwongere mutazire Imana Allah igitondo n'umugoroba, mu ntumbero yo kuyishimira".

فَخَرَجَ عَلَىٰ قَوْمِهِۦ مِنَ ٱلْمِحْرَابِ فَأَوْحَىٰٓ إِلَيْهِمْ أَن سَبِّحُوا۟ بُكْرَةً وَعَشِيًّا ﴿١١﴾

12. Yahya amaze kuvuka akagera mu bigero, Imana Allah yamutegetse Iti: "Ewe Yahya! Fata nkama Igitabu ca Tawurati, ugitahure wongere ukigendere". Twebwe Allah, Twaranamuhaye kuva akiri umwana muto, uburyo bwiza bwo gutahura ingingo no kuzishira mu ngiro;

يَٰيَحْيَىٰ خُذِ ٱلْكِتَٰبَ بِقُوَّةٍ ۖ وَءَاتَيْنَٰهُ ٱلْحُكْمَ صَبِيًّا ﴿١٢﴾

13. Tumuha kugira impuhwe, igikundiro n'umutima wejejwe, kandi yari umugororotsi agamburukira Imana Allah;

وَحَنَانًا مِّن لَّدُنَّا وَزَكَوٰةً ۖ وَكَانَ تَقِيًّا ﴿١٣﴾

14. Yarubaha akubahiriza abavyeyi biwe, ntiyari n'umuntu w'akanyaro, w'intumva.

وَبَرًّۢا بِوَٰلِدَيْهِ وَلَمْ يَكُن جَبَّارًا عَصِيًّا ﴿١٤﴾

15. Yahya rero arakagira amahoro y'Imana Allah ku musi avuka, no ku musi yapfuye, no ku musi yazutse agasubizwa ubuzima!

وَسَلَٰمٌ عَلَيْهِ يَوْمَ وُلِدَ وَيَوْمَ يَمُوتُ وَيَوْمَ يُبْعَثُ حَيًّا ﴿١٥﴾

16. Ntumwa y'Imana! Iganira kandi abantu inkuru ya Mariyamu iri muri Qor'ani, igihe yaja kure y'umuryango wiwe, amaja mu buseruko bw'aho bari;

وَٱذْكُرْ فِى ٱلْكِتَٰبِ مَرْيَمَ إِذِ ٱنتَبَذَتْ مِنْ أَهْلِهَا مَكَانًا شَرْقِيًّا ﴿١٦﴾

17. Araheza ariherera ahantu ata n'umwe amubona, Turaheza Twebwe Allah, Tumurungikira umumalayika Jibrili, maze amwiyereka yihinduye mw'ishusho ry'umuntu bwite;

فَٱتَّخَذَتْ مِن دُونِهِمْ حِجَابًا فَأَرْسَلْنَآ إِلَيْهَا رُوحَنَا فَتَمَثَّلَ لَهَا بَشَرًا سَوِيًّا ﴿١٧﴾

18. Ni ho Mariyamu yaca avuga amwiyama ati: "Mu vy'ukuri, jewe ndikinze kuri Nyenimpuhwe Allah, Ikunkingire ko wongeramira niwaba uri umugororotsi ugamburukira Imana Allah".

قَالَتْ إِنِّىٓ أَعُوذُ بِٱلرَّحْمَٰنِ مِنكَ إِن كُنتَ تَقِيًّا ﴿١٨﴾

19. Umumalayika Jibrili ni ho yimenyekanisha akavuga ati: "Jewe mu vy'ukuri, ndi intumwa warungikiwe n'Imana yawe Rurema Allah, kugira ndaguhe umwana yejejwe umutima".

قَالَ إِنَّمَآ أَنَا۠ رَسُولُ رَبِّكِ لِأَهَبَ لَكِ غُلَٰمًا زَكِيًّا ﴿١٩﴾

20. Mariyamu araheza aritangaza abwira Jibrili ati: "Vyoshoboka gute ko nogira umwana mu gihe ata muntu n'umwe arankorako mu gushingirwa, kandi ntigeze mba n'umushurashuzi!".

قَالَتْ أَنَّىٰ يَكُونُ لِى غُلَٰمٌ وَلَمْ يَمْسَسْنِى بَشَرٌ وَلَمْ أَكُ بَغِيًّا ﴿٢٠﴾

21. Jibrili amwishura ati: "N'aho biri nk'ukwo ubivuze, Imana yawe Rurema Allah Yavuze Iti: "Ukuguha umwana, kiroroshe cane kuri Jewe; kugira nya mwana Tuzonamugire ikimenyetso ku bantu cerekana ubushobozi n'ububasha vyanje Jewe Allah, yongere ahundagazweko impuhwe zacu, abere n'impuhwe abantu". Iryo vuka rya Isa mwene Mariyamu rero, ryaramaze kwandikwa mu vyagezwe, ritegerezwa kuba nta gisivya".

قَالَ كَذَٰلِكِ قَالَ رَبُّكِ هُوَ عَلَىَّ هَيِّنٌ وَلِنَجْعَلَهُۥٓ ءَايَةً لِّلنَّاسِ وَرَحْمَةً مِّنَّا ۚ وَكَانَ أَمْرًا مَّقْضِيًّا ﴿٢١﴾

22. Ni ho rero Jibrili yahuha mw'izosi ry'impuzu Mariyamu yari yambaye, maze Mariyamu aca arasama imbanyi, ashoka aja kure y'abantu.

فَحَمَلَتْهُ فَٱنتَبَذَتْ بِهِۦ مَكَانًا قَصِيًّا ﴿٢٢﴾

23. Hageze kwibaruka, igise ca ya mbanyi gituma aja kure y'abantu, ahari igiti c'itende, aca avuga n'umubabaro n'akantu ati: "Ewe jewewanje! Ubona iyo mpfuma mpfa imbere y'uno musi, nkaba ikintu cibagiwe kikibagiranwa!".

فَأَجَآءَهَا ٱلْمَخَاضُ إِلَىٰ جِذْعِ ٱلنَّخْلَةِ قَالَتْ يَٰلَيْتَنِى مِتُّ قَبْلَ هَٰذَا وَكُنتُ نَسْيًا مَّنسِيًّا ﴿٢٣﴾

24. Jibrili yari hepfo y'aho Mariyamu ari, aca aramuhamagara ati: "Ntiwicwe n'intuntu namba, Imana yawe Rurema Allah Yamaze kugucira umugende w'amazi hambavu yawe;

فَنَادَىٰهَا مِن تَحْتِهَآ أَلَّا تَحْزَنِى قَدْ جَعَلَ رَبُّكِ تَحْتَكِ سَرِيًّا ﴿٢٤﴾

25. Nyiganza rero ico gishitsi c'itende, giheze kigukororere itende zihiye zoroshe;

وَهُزِّىٓ إِلَيْكِ بِجِذْعِ ٱلنَّخْلَةِ تُسَٰقِطْ عَلَيْكِ رُطَبًا جَنِيًّا ﴿٢٥﴾

26. Uheze urye kuri nya tende, unywe no ku mazi y'uwo mugende, maze utekane ku mutima n'ikibondo cawe. Nihagira uwo ubona mu bantu, akakubaza ku vyagushikiye, uraheza umwishure uti: "Jewe mu vy'ukuri, niyemeje kuri Nyenimpuhwe Allah kwinumira[1]; kubera ivyo rero, kuri uno musi simvugisha umuntu n'umwe"".

فَكُلِى وَٱشْرَبِى وَقَرِّى عَيْنًا ۖ فَإِمَّا تَرَيِنَّ مِنَ ٱلْبَشَرِ أَحَدًا فَقُولِىٓ إِنِّى نَذَرْتُ لِلرَّحْمَٰنِ صَوْمًا فَلَنْ أُكَلِّمَ ٱلْيَوْمَ إِنسِيًّا ﴿٢٦﴾

27. Ni ho Mariyamu yagaruka ku bantu biwe ateruye umwana. Bagize ngo baramubonye, bihaye akamo bamubwira bati: "Ewe Mariyamu! Ni ukuri, wadukanye ikintu c'irementanya ritabaho!;

فَأَتَتْ بِهِۦ قَوْمَهَا تَحْمِلُهُۥ ۖ قَالُوا۟ يَٰمَرْيَمُ لَقَدْ جِئْتِ شَيْـًٔا فَرِيًّا ﴿٢٧﴾

28. Ewe mushiki w'umweranda Haruna, so wawe ntiyigeze aba umuntu w'ingeso mbi zo gushurashura, eka na nyoko nyene ntiyigeze aba umushurashuzi".

يَٰٓأُخْتَ هَٰرُونَ مَا كَانَ أَبُوكِ ٱمْرَأَ سَوْءٍ وَمَا كَانَتْ أُمُّكِ بَغِيًّا ﴿٢٨﴾

29. Mariyamu yaberetse n'ukuboko ati: "Nimubaze uyu mwana nteruye!". Na bo baca bamwishura bamwiyamiriza bati: "Vyoshoboka gute ko tuvugana n'umwana muto akiri ku bibero aconka!".

فَأَشَارَتْ إِلَيْهِ ۖ قَالُوا۟ كَيْفَ نُكَلِّمُ مَن كَانَ فِى ٱلْمَهْدِ صَبِيًّا ﴿٢٩﴾

30. Ni ho rero Isa yabishura aconka, ati: "Mu vy'ukuri, jewe ndi Umuja w'Imana Allah, Imana Allah Yageze kumpa Igitabu c'Injili, Ingira n'Intumwa;

قَالَ إِنِّى عَبْدُ ٱللَّهِ ءَاتَىٰنِىَ ٱلْكِتَٰبَ وَجَعَلَنِى نَبِيًّا ﴿٣٠﴾

31. Yampaye n'imihezagiro aho nzoba ndi hose, Yongera Indaga gutsimbataza isengesho no gutanga ishikanwa-bwirizwa mu gihe cose nzoba nkiri muzima;

وَجَعَلَنِى مُبَارَكًا أَيْنَ مَا كُنتُ وَأَوْصَىٰنِى بِٱلصَّلَوٰةِ وَٱلزَّكَوٰةِ مَا دُمْتُ حَيًّا ﴿٣١﴾

32. Ingira umwana yubaha akubahiriza umuvyeyi wiwe, ntiyangize umuntu w'akanyaro, w'intumva;

وَبَرًّۢا بِوَٰلِدَتِى وَلَمْ يَجْعَلْنِى جَبَّارًا شَقِيًّا ﴿٣٢﴾

[1] Ico gihe ukunuma, umuntu avyiyemeje, kwari mu bikorwa vyo kwiyegereza ku Mana Allah. Iryo bwirizwa ryarakuwe mu mabwirizwa yahawe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

33. Ndakagira rero amahoro y'Imana Allah ku musi mvuka, ku musi napfuye no ku musi nazutse ngasubizwa ubuzima".

وَٱلسَّلَٰمُ عَلَيَّ يَوۡمَ وُلِدتُّ وَيَوۡمَ أَمُوتُ وَيَوۡمَ أُبۡعَثُ حَيّٗا ٣٣

34. Ntumwa y'Imana! Iyo nkuru rero Tukwiganiye ku vyerekeye Isa mwene Mariyamu, ni ryo jambo ry'ukuri abayahudi n'abanaswara bahazanako.

ذَٰلِكَ عِيسَى ٱبۡنُ مَرۡيَمَۚ قَوۡلَ ٱلۡحَقِّ ٱلَّذِي فِيهِ يَمۡتَرُونَ ٣٤

35. Nta ho vyigeze biba ko Imana Allah Yigenera umwana mu biremwa vyayo, nihaninahazwe Imana Allah, Yongere Ihabwe n'icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bavuga. Iyo Imana Allah Ishatse gushira mu ngiro ikintu ico ari co cose mu vyagezwe, ni ukuri Ikibwira gusa Iti: "Ba", kigaca kiba ubwo nyene.

مَا كَانَ لِلَّهِ أَن يَتَّخِذَ مِن وَلَدٖۖ سُبۡحَٰنَهُۥٓۚ إِذَا قَضَىٰٓ أَمۡرٗا فَإِنَّمَا يَقُولُ لَهُۥ كُن فَيَكُونُ ٣٥

36. Isa mwene Mariyamu yabwiye abantu yarungitsweko ati: "Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Mana yanje Rurema, Ikaba n'Imana yanyu Rurema. Kubera ivyo rero, nimuyiyegereze mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende mutayibangikanya, iyi ni yo nzira igororotse".

وَإِنَّ ٱللَّهَ رَبِّي وَرَبُّكُمۡ فَٱعۡبُدُوهُۚ هَٰذَا صِرَٰطٞ مُّسۡتَقِيمٞ ٣٦

37. Abahawe Igitabu bariciyemwo imigwi ku kubera ihazana ku vyerekeye Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah). Abanaswara barahayagije Isa mwene Mariyamu bararenza, muri bo harimwo abamwise imana, hari n'abamwise umwana w'imana, harimwo n'abamushize mu butatu butagatifu. Nayo abayahudi bo baramwirengagije, bamwita ko ari umurozi, harimwo n'abamwise umwana wa Yusufu umubaji. Uguhona nya guhona rero, ni ukw'abagararije bagahakana bivuye inyuma umusi w'umuhero w'isi, n'izuka ry'ibiremwa.

فَٱخۡتَلَفَ ٱلۡأَحۡزَابُ مِنۢ بَيۡنِهِمۡۖ فَوَيۡلٞ لِّلَّذِينَ كَفَرُواْ مِن مَّشۡهَدِ يَوۡمٍ عَظِيمٍ ٣٧

38. Burya ukwumva n'ukubona kwabo, bizoba bitangaje koko[1] umusi baje iwacu Twebwe Allah ku musi w'izuka! Ahubwo abirenganije kuri uno musi kw'isi, bari mu muzimagiza ugaragara uri kure y'ukuri.

أَسۡمِعۡ بِهِمۡ وَأَبۡصِرۡ يَوۡمَ يَأۡتُونَنَا لَٰكِنِ ٱلظَّٰلِمُونَ ٱلۡيَوۡمَ فِي ضَلَٰلٖ مُّبِينٖ ٣٨

39. Ntumwa y'Imana! Gabisha abantu ku bihano vy'umusi wo kwicuza, igihe baciriwe urugororotse, urupfu rukazanwa mw'ishusho ry'intama inuze rugakererwa, maze abantu bagaheza bagatunganirizwa; abemeramana bakaja mu Bwami bw'ijuru, abagarariji na bo bakaja mu muriro; ivyo bizoba ukwo, mu gihe abantu kuri iyi si bagoswe mu kutumva igabisha ryawe, gutyo bakareka kwemera no gukora ibikorwa vyiza bitegetswe.

وَأَنذِرۡهُمۡ يَوۡمَ ٱلۡحَسۡرَةِ إِذۡ قُضِيَ ٱلۡأَمۡرُ وَهُمۡ فِي غَفۡلَةٖ وَهُمۡ لَا يُؤۡمِنُونَ ٣٩

40. Mu vy'ukuri, ni Twebwe Allah Tuzotorana isi n'ibiri kuri yo, ni no kuri Twebwe Allah ibiremwa vyose bizogaruka kugira Tubihembere ivyo vyakoze.

إِنَّا نَحۡنُ نَرِثُ ٱلۡأَرۡضَ وَمَنۡ عَلَيۡهَا وَإِلَيۡنَا يُرۡجَعُونَ ٤٠

---

[1] Ico gihe bazoba bashoboye koko kwumva no kubona; ariko ukwumva n'ukubona, nta co bizobamarira ku musi w'izuka.

41. Ntumwa y'Imana! Iganira kandi abantu warungitsweko ku nkuru ya Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) iri muri Qor'ani, mu vy'ukuri Ibrahimu yari imvugakuri koko, akaba n'Umuvugishwamana;

وَٱذۡكُرۡ فِي ٱلۡكِتَٰبِ إِبۡرَٰهِيمَۚ إِنَّهُۥ كَانَ صِدِّيقٗا نَّبِيًّا ٤١

42. Igihe yabwira se Aazara ati: "Dawe wanje! Ni kuki usenga ibigirwamana bitumva bitanabona, ata n'ikintu na kimwe bikumariye!;

إِذۡ قَالَ لِأَبِيهِ يَٰٓأَبَتِ لِمَ تَعۡبُدُ مَا لَا يَسۡمَعُ وَلَا يُبۡصِرُ وَلَا يُغۡنِي عَنكَ شَيۡـٔٗا ٤٢

43. Dawe wanje! Mu vy'ukuri jewe, narahawe n'Imana Allah ubumenyi utigeze uhabwa, ndakwinginze ko wonkurikira nkakurongora mu nzira igororotse;

يَٰٓأَبَتِ إِنِّي قَدۡ جَآءَنِي مِنَ ٱلۡعِلۡمِ مَا لَمۡ يَأۡتِكَ فَٱتَّبِعۡنِيٓ أَهۡدِكَ صِرَٰطٗا سَوِيّٗا ٤٣

44. Dawe wanje! Ntukumvire shetani mu gusenga ibigirwamana; mu vy'ukuri, shetani yaramaze kuba ikigaba kuri Nyenimpuhwe Allah;

يَٰٓأَبَتِ لَا تَعۡبُدِ ٱلشَّيۡطَٰنَۖ إِنَّ ٱلشَّيۡطَٰنَ كَانَ لِلرَّحۡمَٰنِ عَصِيّٗا ٤٤

45. Dawe wanje! Mu vy'ukuri, jewe ndafise impungenge ko wopfa ukigarariza, maze ugahanwa na Nyenimpuhwe Allah ku musi w'izuka, gutyo ukaba umugenzi wa shetani mu muriro".

يَٰٓأَبَتِ إِنِّيٓ أَخَافُ أَن يَمَسَّكَ عَذَابٞ مِّنَ ٱلرَّحۡمَٰنِ فَتَكُونَ لِلشَّيۡطَٰنِ وَلِيّٗا ٤٥

46. Aazara yishuye Ibrahimu ati: "Burahi! Ubwo urakenyeye wirengagize isengwa ry'imana zanje! Ni ukuri, utavavanuye n'ugutyoza imana zanje, nzokwicisha amabuye, canke ndakwirukane ugende ubutakigaruka, maze ntuzonasubire no kumvugisha".

قَالَ أَرَاغِبٌ أَنتَ عَنۡ ءَالِهَتِي يَٰٓإِبۡرَٰهِيمُۖ لَئِن لَّمۡ تَنتَهِ لَأَرۡجُمَنَّكَۖ وَٱهۡجُرۡنِي مَلِيّٗا ٤٦

47. Ibrahimu yishuye se Aazara ati: "Urakagira amahoro, usimbe imanga! Nzogusabira ku Mana yanje Rurema Allah ko Yokurongora, Ikakugirira n'ikigongwe ku vyaha wakoze. Mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, Yamye Inyumvira mu gihe ndayisavye;

قَالَ سَلَٰمٌ عَلَيۡكَۖ سَأَسۡتَغۡفِرُ لَكَ رَبِّيٓۖ إِنَّهُۥ كَانَ بِي حَفِيّٗا ٤٧

48. Nzobiyonjororako mwebwe hamwe n'ibigirwamana vyanyu musenga mu gishingo c'Imana Allah, mpeze nsabe Imana yanje Rurema Allah, kumbure sinzoreka kwemererwa n'Imana yanje Rurema Allah igisabo ndayisavye".

وَأَعۡتَزِلُكُمۡ وَمَا تَدۡعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَأَدۡعُواْ رَبِّي عَسَىٰٓ أَلَّآ أَكُونَ بِدُعَآءِ رَبِّي شَقِيّٗا ٤٨

49. Igihe rero Ibrahimu abiyonjororako bo hamwe n'ibigirwamana vyabo basenga mu gishingo c'Imana Allah, Twebwe Allah Twaramuhaye umwana yitwa Is-haka, Tumuha n'umwuzukuru yitwa Yakubu mwene Is-haka, kandi bompi Twabagize Abavugishwamana.

فَلَمَّا ٱعۡتَزَلَهُمۡ وَمَا يَعۡبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَهَبۡنَا لَهُۥٓ إِسۡحَٰقَ وَيَعۡقُوبَۖ وَكُلّٗا جَعَلۡنَا نَبِيّٗا ٤٩

50. Twaranabahaye ku mpuhwe zacu ingabirano nyinshi, Tubaha no kuyagwa neza mu bantu.

وَوَهَبۡنَا لَهُم مِّن رَّحۡمَتِنَا وَجَعَلۡنَا لَهُمۡ لِسَانَ صِدۡقٍ عَلِيّٗا ٥٠

51. Ntumwa y'Imana! Iganira kandi abantu warungitsweko ku nkuru ya Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) iri muri Qor'ani; mu vy'ukuri, Musa yaratowe n'Imana Allah, yari Intumwa akaba n'Umuvugishwamana.

وَٱذۡكُرۡ فِي ٱلۡكِتَٰبِ مُوسَىٰٓۚ إِنَّهُۥ كَانَ مُخۡلَصٗا وَكَانَ رَسُولٗا نَّبِيّٗا ٥١

52. Twebwe Allah, Twarahamagaye Musa ari amaja mu kabande k'umusozi Twuuri wari iburyo bwiwe[1], maze Tumutera iteka ryo kuvugana na Twe Allah ukuri kwamye[2].

وَنَدَيْنَٰهُ مِن جَانِبِ ٱلطُّورِ ٱلْأَيْمَنِ وَقَرَّبْنَٰهُ نَجِيًّا ﴿٥٢﴾

53. Twaranahaye Musa ku mpuhwe zacu uwumufasha, maze Tumugirira murumunawe Haruna Umuvugishwamana.

وَوَهَبْنَا لَهُۥ مِن رَّحْمَتِنَآ أَخَاهُ هَٰرُونَ نَبِيًّا ﴿٥٣﴾

54. Ntumwa y'Imana! Iganira kandi abantu warungitsweko ku nkuru ya Ismayili (nyakugira amahoro y'Imana Allah) iri muri Qor'ani; mu vy'ukuri, Ismayili yari imvugakuri ishitsa ivyo yiyemeje, yari n'Intumwa akaba n'Umuvugishwamana.

وَٱذْكُرْ فِى ٱلْكِتَٰبِ إِسْمَٰعِيلَ ۚ إِنَّهُۥ كَانَ صَادِقَ ٱلْوَعْدِ وَكَانَ رَسُولًا نَّبِيًّا ﴿٥٤﴾

55. Yaranabwiriza n'umuryango wiwe gutsimbataza isengesho no gutanga ishikanwa-bwirizwa, yari n'umuntu ashimwa n'Imana Allah.

وَكَانَ يَأْمُرُ أَهْلَهُۥ بِٱلصَّلَوٰةِ وَٱلزَّكَوٰةِ وَكَانَ عِندَ رَبِّهِۦ مَرْضِيًّا ﴿٥٥﴾

56. Ntumwa y'Imana! Iganira kandi abantu warungitsweko ku nkuru ya Idrisa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) iri muri Qor'ani; mu vy'ukuri, Idrisa yari imvugakuri koko, akaba n'Umuvugishwamana.

وَٱذْكُرْ فِى ٱلْكِتَٰبِ إِدْرِيسَ ۚ إِنَّهُۥ كَانَ صِدِّيقًا نَّبِيًّا ﴿٥٦﴾

57. Twaranadugirije Idrisa icubahiro mu kuyagwa neza n'ibiremwa.

وَرَفَعْنَٰهُ مَكَانًا عَلِيًّا ﴿٥٧﴾

58. Ntumwa y'Imana! Abo Tukwiganiye rero inkuru zabo, ni bo Imana Allah Yahaye inema zayo, maze Ibagira Abavugishwamana mu ruvyaro rwa Adamu; nka Idrisa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), mu ruvyaro rukomoka ku bo Twarokoye Tukabatwara mu bwato hamwe na Nuhu[3] (nyakugira amahoro y'Imana Allah), mu ruvyaro rwa Ibrahimu[4] no mu ruvyaro rwa Yakubu[5] (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah), no mu bo Twarongoye mu nzira yo kwemera Tukabatora kuba Intumwa n'Abavugishwamana. Iyo rero basomewe Aayah za Nyenimpuhwe Allah, bashoka bubama ku ruhanga hasi mu kwubaha Imana Allah, bakorora n'amosozi ku kuyitinya[6].

أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ أَنْعَمَ ٱللَّهُ عَلَيْهِم مِّنَ ٱلنَّبِيِّـۧنَ مِن ذُرِّيَّةِ ءَادَمَ وَمِمَّنْ حَمَلْنَا مَعَ نُوحٍ وَمِن ذُرِّيَّةِ إِبْرَٰهِيمَ وَإِسْرَٰٓءِيلَ وَمِمَّنْ هَدَيْنَا وَٱجْتَبَيْنَآ ۚ إِذَا تُتْلَىٰ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتُ ٱلرَّحْمَٰنِ خَرُّوا۟ سُجَّدًا وَبُكِيًّا ﴿٥٨﴾

59. Mu nyuma y'abo rero, haraje abantu b'ibigaba batitwararika gutsimbataza isengesho, bagakurikira ingingo zihuye n'ivyipfuzo vyabo; bitebe bitebuke rero, bazokwibonerako mu muriro wa Jahannamu.

۞ فَخَلَفَ مِنۢ بَعْدِهِمْ خَلْفٌ أَضَاعُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ وَٱتَّبَعُوا۟ ٱلشَّهَوَٰتِ ۖ فَسَوْفَ يَلْقَوْنَ غَيًّا ﴿٥٩﴾

---

[1] Ico gihe yari mu nzira asubira muri Misiri (Egiputa).
[2] Iyi Aayah iremeza ko Imana Allah Ivuga mu buryo buberanye n'icubahiro n'ubumana bwayo.
[3] Nka Ibrahimu mwene Sam mwene Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah).
[4] Nka Ismayili, Is-haka na Yakubu (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah).
[5] Ari we batazira Israyeli. Intumwa zimukomokako, ni nka Musa, Haruna, Zakariya, Yahya na Isa mwene Mariyamu (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah).
[6] Iyo uhejeje gusoma iyi Aayah, uca wubama incuro imwe.

إِلَّا مَن تَابَ وَءَامَنَ وَعَمِلَ صَٰلِحًا فَأُوْلَٰٓئِكَ يَدۡخُلُونَ ٱلۡجَنَّةَ وَلَا يُظۡلَمُونَ شَيۡـٔٗا ٦٠

60. Ariko uwuzokwisubirako muri bo akigaya, agaheza akemera agakora n'ibikorwa vyiza bitegetswe, uyo azoba ari mu bantu Imana Allah Yemereye ukwigaya kwabo, bazokwinjira mu Bwami bw'ijuru, ntibazonarenganywa na gato ku ndishi y'ivyo bakoze;

جَنَّٰتِ عَدۡنٍ ٱلَّتِي وَعَدَ ٱلرَّحۡمَٰنُ عِبَادَهُۥ بِٱلۡغَيۡبِۚ إِنَّهُۥ كَانَ وَعۡدُهُۥ مَأۡتِيّٗا ٦١

61. Bazoba bari mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni", ari na Bwo Nyenimpuhwe Allah Yasezeraniye abaja bayo ko bazobwinjira, bakabwemera bataranabubona n'amaso. Mu vy'ukuri, isezerano rya Nyenimpuhwe Allah, ritegerezwa gushika.

لَّا يَسۡمَعُونَ فِيهَا لَغۡوًا إِلَّا سَلَٰمٗاۖ وَلَهُمۡ رِزۡقُهُمۡ فِيهَا بُكۡرَةٗ وَعَشِيّٗا ٦٢

62. Muri nya Bwami bw'ijuru rero, ntibazokwigera bumva amajambo y'imburakimazi (ataroranye), kiretse gusa ijambo ry'indamutso y'amahoro, bazoronswa muri nya Bwami bw'ijuru imfungurwa n'ibinyobwa vyamaho igitondo n'umugoroba, igihe cose babishakiye.

تِلۡكَ ٱلۡجَنَّةُ ٱلَّتِي نُورِثُ مِنۡ عِبَادِنَا مَن كَانَ تَقِيّٗا ٦٣

63. Ubwo Bwami bw'ijuru butunganijwe ukwo, ni bwo Bwami Twebwe Allah Twageneye uwo wese mu baja bacu, azoba ari umugamburukiramana.

وَمَا نَتَنَزَّلُ إِلَّا بِأَمۡرِ رَبِّكَۖ لَهُۥ مَا بَيۡنَ أَيۡدِينَا وَمَا خَلۡفَنَا وَمَا بَيۡنَ ذَٰلِكَۚ وَمَا كَانَ رَبُّكَ نَسِيّٗا ٦٤

64. Mumalayika Jibrili! Bwira Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) uti[1]: "Burya twebwe abamalayika, ntituva mw'ijuru ngo tumanuke kw'isi, kiretse kw'itegeko duhawe n'Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Rugaba w'ivyo twimirije muri kazoza mu buzima bw'inyuma yo gupfa, n'ivyo twarenganye muri kahise mu buzima bwo kw'isi, n'ibizoba rero hagati yavyo[2] ; kandi Imana yawe Rurema Allah ntiyibagira ikintu na kimwe;

رَّبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَمَا بَيۡنَهُمَا فَٱعۡبُدۡهُ وَٱصۡطَبِرۡ لِعِبَٰدَتِهِۦۚ هَلۡ تَعۡلَمُ لَهُۥ سَمِيّٗا ٦٥

65. Ni Yo Mana Rurema w'amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo. Muvugishwamana! Shishikara rero uyiyegereza mu vyo ukora vyose unayisenga ari Imwe Rudende, maze wihanganire iyumviramana, wewe hamwe n'abagukurikiye. Nta n'umwe rero yokwitiranywa na Yo mu kuntu Imeze, mu bushobozi n'ububasha vyayo no mu mazina n'amatazirano yayo".

وَيَقُولُ ٱلۡإِنسَٰنُ أَءِذَا مَا مِتُّ لَسَوۡفَ أُخۡرَجُ حَيّٗا ٦٦

66. Umuntu agarariza agahakana izuka ry'ibiremwa, arinamura akavuga ati: "Burya ninamara gupfa, ni ivy'ukuri ko nzozurwa ngasubira kuba muzima!".

أَوَلَا يَذۡكُرُ ٱلۡإِنسَٰنُ أَنَّا خَلَقۡنَٰهُ مِن قَبۡلُ وَلَمۡ يَكُ شَيۡـٔٗا ٦٧

67. Mbega umuntu w'umugarariji yibagiye ico ari co! Burya ntiyibuka ko Twebwe Allah Twamuremye ubwa mbere kandi atari bwabeho!

---

[1] Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yari yabajije umumalayika Jibrili igituma hari igihe ateba kumanuka aje kumuhishurira Qor'ani.

[2] Imana Allah, ni Yo Rugaba w'ikintu ico ari co cose, kibaye ku mwanya uwo ari wo wose, kibereye ahantu aho ari ho hose.

68. Ntumwa y'Imana! Ndarahiye Jewe Allah kw'izina ry'Imana yawe Rurema, ko abahakana izuka ry'ibiremwa, Twebwe Allah Dutegerezwa kuzobegeraniriza hamwe n'amashetani ku musi w'izuka; hanyuma ni ukuri, Tuzobakumakumira hambavu y'umuriro wa Jahannamu bapfukamye, badashoboye no guhaguruka!

فَوَرَبِّكَ لَنَحْشُرَنَّهُمْ وَٱلشَّيَٰطِينَ ثُمَّ لَنُحْضِرَنَّهُمْ حَوْلَ جَهَنَّمَ جِثِيًّا ﴿٦٨﴾

69. Hanyuma, ni ukuri Tuzofata mu mugwi wose, uwari intumva karuhariwe kuri Nyenimpuhwe Allah, abe ari we Duherako guhana.

ثُمَّ لَنَنزِعَنَّ مِن كُلِّ شِيعَةٍ أَيُّهُمْ أَشَدُّ عَلَى ٱلرَّحْمَٰنِ عِتِيًّا ﴿٦٩﴾

70. Hanyuma ni ukuri, ni Twebwe Allah Tuzi neza abakwiye kwinjira no guhanwa muri nya muriro wa Jahannamu.

ثُمَّ لَنَحْنُ أَعْلَمُ بِٱلَّذِينَ هُمْ أَوْلَىٰ بِهَا صِلِيًّا ﴿٧٠﴾

71. Bantu! Nta n'umwe muri mwebwe kiretse ko azoca ku kiraro gitambitse hejuru y'umuriro wa Jahannamu, maze arengane canke akorokereyo hisunzwe ibikorwa vyiwe; ivyo bitegerezwa gushika kuko ari ko vyagezwe n'Imana Allah;

وَإِن مِّنكُمْ إِلَّا وَارِدُهَا ۚ كَانَ عَلَىٰ رَبِّكَ حَتْمًا مَّقْضِيًّا ﴿٧١﴾

72. Hanyuma Twebwe Allah, Dushoke Turokora abatinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, baheze barengane amahoro kuri nya kiraro; maze Tureke abirenganije mu kugarariza, batibukire muri nya muriro wa Jahannamu bapfukamye, badashoboye no guhaguruka.

ثُمَّ نُنَجِّى ٱلَّذِينَ ٱتَّقَواْ وَّنَذَرُ ٱلظَّٰلِمِينَ فِيهَا جِثِيًّا ﴿٧٢﴾

73. Abantu iyo basomewe Aayah zacu zitomoye, abagarariji baca babwira abemeramana bati: "Ni uwuhe mugwi hagati yacu na mwe ufise ubushikiro n'ubuteramo vyiza gusumba uwundi!".

وَإِذَا تُتْلَىٰ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتُنَا بَيِّنَٰتٍ قَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لِلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَىُّ ٱلْفَرِيقَيْنِ خَيْرٌ مَّقَامًا وَأَحْسَنُ نَدِيًّا ﴿٧٣﴾

74. Ntumwa y'Imana! Hari imigwi myinshi y'abantu Twahoneje aho hambere y'abagarariji mu bantu warungitsweko, bari bifise bikwiye, bakeye cane no mu maso kubasumba.

وَكَمْ أَهْلَكْنَا قَبْلَهُم مِّن قَرْنٍ هُمْ أَحْسَنُ أَثَٰثًا وَرِءْيًا ﴿٧٤﴾

75. Ntumwa y'Imana! Bwira abagarariji uti: "Abari mu buhuvyi, Nyenimpuhwe Allah Aratenyenya kubahana, maze bakabugumamwo gushika biboneyeko kw'isi ibihano bagabishijweko; canke bashikiwe n'umuhero w'isi; ico gihe rero, bazomenya neza na neza uwufise ubushikiro bubi cane, akagira n'ingabo ata co zishoboye".

قُلْ مَن كَانَ فِى ٱلضَّلَٰلَةِ فَلْيَمْدُدْ لَهُ ٱلرَّحْمَٰنُ مَدًّا ۚ حَتَّىٰٓ إِذَا رَأَوْاْ مَا يُوعَدُونَ إِمَّا ٱلْعَذَابَ وَإِمَّا ٱلسَّاعَةَ فَسَيَعْلَمُونَ مَنْ هُوَ شَرٌّ مَّكَانًا وَأَضْعَفُ جُندًا ﴿٧٥﴾

76. Imana Allah, Irongerereza n'uburongozi abatumbereye inzira y'idini ryayo rigororotse. Kukaba nkako, burya ibikorwa vyiza vyamaho, ni vyo bifise indishi nziza cane gusumba ku Mana yawe Rurema Allah, ni na vyo umuntu wese yizigira, azeyemwo iherezo ryiza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَيَزِيدُ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ٱهْتَدَوْاْ هُدًى ۗ وَٱلْبَٰقِيَٰتُ ٱلصَّٰلِحَٰتُ خَيْرٌ عِندَ رَبِّكَ ثَوَابًا وَخَيْرٌ مَّرَدًّا ﴿٧٦﴾

77. Ntumwa y'Imana! Mbega waramenye inkuru y'umugarariji Al'Aaswi mwene Waa-ili, yagararije agahakana yivuye inyuma Aayah zacu Twebwe Allah, maze akinamura akavuga ati: "Ni ukuri, nzohabwa amatungo n'abana mu buzima bw'inyuma yo gupfa".

أَفَرَءَيْتَ ٱلَّذِى كَفَرَ بِـَٔايَـٰتِنَا وَقَالَ لَأُوتَيَنَّ مَالًا وَوَلَدًا ﴿٧٧﴾

78. Yoba yararungurutse mu binyegejwe ibiremwa, akabona ko azohabwa amatungo n'abana mu buzima bw'inyuma yo gupfa, canke yoba afise isezerano kuri Nyenimpuhwe Allah ko Azobimuha!

أَطَّلَعَ ٱلْغَيْبَ أَمِ ٱتَّخَذَ عِندَ ٱلرَّحْمَـٰنِ عَهْدًا ﴿٧٨﴾

79. Eka nateshwe ate, si nk'uko avyibwira. Twebwe Allah, Tuzokwandika ivyo avuga mu kurementaniriza Imana Allah, Duheze Tumwongerereze ibihano vy'ubwoko bwose mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

كَلَّا ۚ سَنَكْتُبُ مَا يَقُولُ وَنَمُدُّ لَهُۥ مِنَ ٱلْعَذَابِ مَدًّا ﴿٧٩﴾

80. Maze Dusubire ku matungo n'abana yiratira, aheze aze iwacu Twebwe Allah ku musi w'izuka ari wenyene, ari imbokoboko.

وَنَرِثُهُۥ مَا يَقُولُ وَيَأْتِينَا فَرْدًا ﴿٨٠﴾

81. Ababangikanyamana bagize mu gishingo c'Imana Allah ibigirwamana basenga, kugira ngo bibakingire bibatere n'iteka.

وَٱتَّخَذُوا۟ مِن دُونِ ٱللَّهِ ءَالِهَةً لِّيَكُونُوا۟ لَهُمْ عِزًّا ﴿٨١﴾

82. Eka nibateshwe bate, si nk'uko bavyibwira, ibigirwamana basenga bizobihakana vyiyamirize n'isengwa ryavyo, maze bibihinduke bibagirize.

كَلَّا ۚ سَيَكْفُرُونَ بِعِبَادَتِهِمْ وَيَكُونُونَ عَلَيْهِمْ ضِدًّا ﴿٨٢﴾

83. Ntumwa y'Imana! Mbega mu vy'ukuri, ntiwabonye ko Twebwe Allah Dushuhurira amashetani ku bagarariji kugira abandanye kubahubisha!

أَلَمْ تَرَ أَنَّآ أَرْسَلْنَا ٱلشَّيَـٰطِينَ عَلَى ٱلْكَـٰفِرِينَ تَؤُزُّهُمْ أَزًّا ﴿٨٣﴾

84. Ntiwihutire rero kubasabira ibihano vyo kw'isi, mu vy'ukuri Twebwe Allah, Turabaharurira imyaka bamaze n'ibikorwa bakora, nta na kimwe Twirengagije muri vyo.

فَلَا تَعْجَلْ عَلَيْهِمْ ۖ إِنَّمَا نَعُدُّ لَهُمْ عَدًّا ﴿٨٤﴾

85. Umusi rero Twegeranirije abagamburukiramana kwa Nyenimpuhwe Allah bubashwe, bari mu migwimigwi;

يَوْمَ نَحْشُرُ ٱلْمُتَّقِينَ إِلَى ٱلرَّحْمَـٰنِ وَفْدًا ﴿٨٥﴾

86. Tugashorera n'abagarariji mu muriro wa Jahannamu bagenda n'ibirenge bishwe n'inyota;

وَنَسُوقُ ٱلْمُجْرِمِينَ إِلَىٰ جَهَنَّمَ وِرْدًا ﴿٨٦﴾

87. Abagarariji ntibazogira n'umwe bavugira mu biremwa, ariko uwuzogira uburenganzira bwo kugira uwo asabiye, ni uwuzoba afise isezerano rya Nyenimpuhwe Allah mu Ntumwa n'abemeramana ryo kuvugira abandi.

لَّا يَمْلِكُونَ ٱلشَّفَـٰعَةَ إِلَّا مَنِ ٱتَّخَذَ عِندَ ٱلرَّحْمَـٰنِ عَهْدًا ﴿٨٧﴾

88. Abagarariji baranavuze ko Nyenimpuhwe Allah Yigeneye umwana.

وَقَالُوا۟ ٱتَّخَذَ ٱلرَّحْمَـٰنُ وَلَدًا ﴿٨٨﴾

89. Bantu muvuga ko Imana Allah Yigeneye umwana! Ni ukuri, mwaradukanye ikintu kibi cane kuri iyo mvugo;

لَّقَدْ جِئْتُمْ شَيْـًٔا إِدًّا ﴿٨٩﴾

90. Ku bubi bw'iryo jambo, amajuru ahakwa gusaduka, n'isi ihakwa gusatagurika, n'imisozi ihakwa gusenyagurika ikayoka;

تَكَادُ ٱلسَّمَـٰوَٰتُ يَتَفَطَّرْنَ مِنْهُ وَتَنشَقُّ ٱلْأَرْضُ وَتَخِرُّ ٱلْجِبَالُ هَدًّا ﴿٩٠﴾

أَن دَعَوْا۟ لِلرَّحْمَٰنِ وَلَدًا ﴿٩١﴾

91. Ku gushavuzwa n'iyomekera ry'umwana kuri Nyenimpuhwe Allah.

وَمَا يَنۢبَغِى لِلرَّحْمَٰنِ أَن يَتَّخِذَ وَلَدًا ﴿٩٢﴾

92. Ntibikabe rero ko Nyenimpuhwe Allah Yigenera umwana.

إِن كُلُّ مَن فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ إِلَّآ ءَاتِى ٱلرَّحْمَٰنِ عَبْدًا ﴿٩٣﴾

93. Ibiremwa biri mu majuru mu bamalayika, n'ibiremwa biri kw'isi mu bantu n'amajini, vyose bizosubira kuri Nyenimpuhwe Allah, ari abaja bicisha bugufi kuri Yo.

لَّقَدْ أَحْصَىٰهُمْ وَعَدَّهُمْ عَدًّا ﴿٩٤﴾

94. Ni ukuri Imana Allah, Yaramaze guharura ibiremwa vyayo ata kwihenda, Iraheza Iramenya n'igitigiri cavyo;

وَكُلُّهُمْ ءَاتِيهِ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ فَرْدًا ﴿٩٥﴾

95. Kandi umwe wese mu biremwa, azoza ku Mana Allah ku musi w'izuka ari wenyene, ari imbokoboko.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ سَيَجْعَلُ لَهُمُ ٱلرَّحْمَٰنُ وُدًّا ﴿٩٦﴾

96. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe, Nyenimpuhwe Allah Azobaha gukundwa n'ibiremwa.

فَإِنَّمَا يَسَّرْنَٰهُ بِلِسَانِكَ لِتُبَشِّرَ بِهِ ٱلْمُتَّقِينَ وَتُنذِرَ بِهِۦ قَوْمًا لُّدًّا ﴿٩٧﴾

97. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri Twebwe Allah, Tworoheje Qor'ani mu rurimi rwawe rw'icarabu; kugira uyikoreshe mu gushikiriza inkuru nziza ihumuriza abagamburukiramana, ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru, no mu kugabisha abantu b'inshirwarimenetse mu bigaba ku bihano vy'Imana Allah.

وَكَمْ أَهْلَكْنَا قَبْلَهُم مِّن قَرْنٍ هَلْ تُحِسُّ مِنْهُم مِّنْ أَحَدٍ أَوْ تَسْمَعُ لَهُمْ رِكْزًا ﴿٩٨﴾

98. Ntumwa y'Imana! Hari imigwi myinshi y'abantu Twahoneje aho hambere y'abagarariji mu bantu warungitsweko, hari n'umwe ubona muri bo yasigaye, canke ngo wumve n'ijwi ryabo[1]!

20. Twaa Haa (Twaa Haa)
Aayah 135, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

طه ﴿١﴾

1. Twaa Haa[2].

مَآ أَنزَلْنَا عَلَيْكَ ٱلْقُرْءَانَ لِتَشْقَىٰٓ ﴿٢﴾

2. Ntumwa y'Imana! Ntitwakumanuriye Qor'ani kugira ngo ikubere amananiza mu vyo ukora;

إِلَّا تَذْكِرَةً لِّمَن يَخْشَىٰ ﴿٣﴾

3. Ariko Twayikumanuriye kugira ibe inyigisho n'urwibutso ku wutinya ibihano vy'Imana Allah, maze akubahiriza amabwirizwa yayo.

تَنزِيلًا مِّمَّنْ خَلَقَ ٱلْأَرْضَ وَٱلسَّمَٰوَٰتِ ٱلْعُلَى ﴿٤﴾

4. Iyi Qor'ani, yamanuwe ivuye ku Mana Allah Yaremye isi n'amajuru ahanitse mu kirere;

ٱلرَّحْمَٰنُ عَلَى ٱلْعَرْشِ ٱسْتَوَىٰ ﴿٥﴾

5. Nyenimpuhwe Allah Ahangamiye hejuru y'ibiremwa vyose ku Buhangamo bwiwe "Al'Arsh" mu buryo buberanye n'icubahiro ciwe.

---

[1] Iyi Aayah irihaniza abagarariji mu bantu barungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ko Imana Allah Ishobora kubahonya mu gihe borendegera mu bugarariji bwabo.

[2] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

6. Ni We Rugaba Agaba Akaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo, hamwe n'ibiri mu kuzimu.

لَهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ وَمَا بَيْنَهُمَا وَمَا تَحْتَ ٱلثَّرَىٰ ﴿٦﴾

7. Ntumwa y'Imana! Niwaserura ijambo canke ukongorera, uramenya ko Imana Allah ata co Itazi; ni ukuri, Irazi neza ibiri mw'ibanga n'ibihishije mu mishaha.

وَإِن تَجْهَرْ بِٱلْقَوْلِ فَإِنَّهُۥ يَعْلَمُ ٱلسِّرَّ وَأَخْفَى ﴿٧﴾

8. Allah ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, Ifise amazina meza cane n'amatazirano ayiranga.

ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ۖ لَهُ ٱلْأَسْمَآءُ ٱلْحُسْنَىٰ ﴿٨﴾

9. Ntumwa y'Imana! Mbega warashikiriwe n'inkuru ya Musa mwene Amrani (nyakugira amahoro y'Imana Allah), igihe yava muri Madiyani agana muri Misiri!

وَهَلْ أَتَىٰكَ حَدِيثُ مُوسَىٰٓ ﴿٩﴾

10. Igihe yabona umucanwa waka mw'ijoro, agaca abwira umuryango wiwe bari kumwe ati: "Nimundindire gato, ni ukuri jewe nabonye umucanwa waka, hari n'aho nobazanira igishirira mukota, canke nkahasanga umuntu yotuzimurura akatwereka inzira".

إِذْ رَءَا نَارًا فَقَالَ لِأَهْلِهِ ٱمْكُثُوٓا۟ إِنِّىٓ ءَانَسْتُ نَارًا لَّعَلِّىٓ ءَاتِيكُم مِّنْهَا بِقَبَسٍ أَوْ أَجِدُ عَلَى ٱلنَّارِ هُدًى ﴿١٠﴾

11. Musa amaze gushika aho yabonye nya mucanwa, yarahamagawe n'Imana Allah Iti: "Ewe Musa!

فَلَمَّآ أَتَىٰهَا نُودِىَ يَٰمُوسَىٰٓ ﴿١١﴾

12. Mu vy'ukuri, ni Jewe Imana yawe Rurema Allah, enda nyabuna rero, kura ibirato vyawe wambaye; mu vy'ukuri, aha uri mu kabande "Twuwa" gahezagiwe;

إِنِّىٓ أَنَا۠ رَبُّكَ فَٱخْلَعْ نَعْلَيْكَ ۖ إِنَّكَ بِٱلْوَادِ ٱلْمُقَدَّسِ طُوًى ﴿١٢﴾

13. Jewe Allah Nagutoye kuba Intumwa, umviriza rero Ndaguhishurire;

وَأَنَا ٱخْتَرْتُكَ فَٱسْتَمِعْ لِمَا يُوحَىٰٓ ﴿١٣﴾

14. Mu vy'ukuri ni Jewe Allah, ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Jewe, nyiyegereze rero mu vyo ukora vyose unansenge utambangikanya, wongere utsimbataze isengesho mu kuninahaza no mu kuntazira;

إِنَّنِىٓ أَنَا ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّآ أَنَا۠ فَٱعْبُدْنِى وَأَقِمِ ٱلصَّلَوٰةَ لِذِكْرِىٓ ﴿١٤﴾

15. Mu vy'ukuri, isango ry'umuhero w'isi nta nkeka ko vuba bwango rigiye gushika; Narigize ibanga ryanje gusa, aho ata kiremwa kizi igihe nya sango rizogererako, kugira umuntu wese ahemberwe ivyo yakoze kw'isi;

إِنَّ ٱلسَّاعَةَ ءَاتِيَةٌ أَكَادُ أُخْفِيهَا لِتُجْزَىٰ كُلُّ نَفْسٍۭ بِمَا تَسْعَىٰ ﴿١٥﴾

16. Musa! Ntuzobuzwe kwemera isango ry'umuhero w'isi, n'uwutemera ko iryo sango ribaho ngo aryitegurire, agahitamwo gukurikira ivyipfuzo vyiwe, agahona;

فَلَا يَصُدَّنَّكَ عَنْهَا مَن لَّا يُؤْمِنُ بِهَا وَٱتَّبَعَ هَوَىٰهُ فَتَرْدَىٰ ﴿١٦﴾

17. Mbega Musa! Ico witwaje mu kuryo kwawe, ni igiki?".

وَمَا تِلْكَ بِيَمِينِكَ يَٰمُوسَىٰ ﴿١٧﴾

18. Musa yishura ati: "Ni inkoni yanje nishimikiza, nkayikoresha no mu kwahirira ubwatsi intama zanje, ndanayikoresha no mu bindi ngirakamaro".

قَالَ هِىَ عَصَاىَ أَتَوَكَّؤُا۟ عَلَيْهَا وَأَهُشُّ بِهَا عَلَىٰ غَنَمِى وَلِىَ فِيهَا مَـَٔارِبُ أُخْرَىٰ ﴿١٨﴾

19. Imana Allah Ibwira Musa Iti: "Musa! Terera hasi iyo nkoni";

قَالَ أَلْقِهَا يَٰمُوسَىٰ ﴿١٩﴾

20. Musa aca aterera hasi ya nkoni maze ihinduka inzoka yigendera. Musa abonye nya nzoka, yabaye nk'uwuyihunga;

فَأَلْقَىٰهَا فَإِذَا هِىَ حَيَّةٌ تَسْعَىٰ ﴿٢٠﴾

21. Imana Allah Ica Imubwira Iti: “Tora iyo nzoka, kandi ntutinye kuyitora, Twebwe Allah Turayihindura isubire kuba inkoni ukuri kwamye;	قَالَ خُذْهَا وَلَا تَخَفْ ۖ سَنُعِيدُهَا سِيرَتَهَا ٱلْأُولَىٰ ﴿٢١﴾
22. Vyongeye, shira ikiganza cawe mu kwaha, kivayo cererana gisayangana bidaturutse ku ndwara y’ubukarabe; ico kikaba ari ikindi gitangaro;	وَٱضْمُمْ يَدَكَ إِلَىٰ جَنَاحِكَ تَخْرُجْ بَيْضَآءَ مِنْ غَيْرِ سُوٓءٍ ءَايَةً أُخْرَىٰ ﴿٢٢﴾
23. Ivyo vyose Twabigize kugira Tukwereke bimwe mu bitangaro vyacu bihambaye, vyerekana ko uri Intumwa vy’ukuri;	لِنُرِيَكَ مِنْ ءَايَٰتِنَا ٱلْكُبْرَى ﴿٢٣﴾
24. Genda rero kwa Firawuni umurarikire kwemera no gusenga Imana Imwe Rudende Allah, mu vy’ukuri yarimonogoje mu bugarariji”.	ٱذْهَبْ إِلَىٰ فِرْعَوْنَ إِنَّهُۥ طَغَىٰ ﴿٢٤﴾
25. Musa yavuze ati: “Mana yanje Rurema Allah! Nyagurira igikiriza canje mu kwihangana;	قَالَ رَبِّ ٱشْرَحْ لِى صَدْرِى ﴿٢٥﴾
26. Wongere Unyorohereze iki gikorwa;	وَيَسِّرْ لِىٓ أَمْرِى ﴿٢٦﴾
27. Umpe n’ubushobozi bwo gutomora;	وَٱحْلُلْ عُقْدَةً مِّن لِّسَانِى ﴿٢٧﴾
28. Kugira abo Undungitseko batahure amajambo yanje;	يَفْقَهُوا۟ قَوْلِى ﴿٢٨﴾
29. Ndagusavye Ungirire umufasha mu muryango wanje;	وَٱجْعَل لِّى وَزِيرًا مِّنْ أَهْلِى ﴿٢٩﴾
30. Haruna murumunanje;	هَٰرُونَ أَخِى ﴿٣٠﴾
31. Gutyo Umunshigikize mu kuntera intege, amfate mu mugongo;	ٱشْدُدْ بِهِۦٓ أَزْرِى ﴿٣١﴾
32. Umugire uwo dufatanije mu butumwa no kubushikiriza;	وَأَشْرِكْهُ فِىٓ أَمْرِى ﴿٣٢﴾
33. Kugira jewe na we dushishikare kukuninahaza cane;	كَىْ نُسَبِّحَكَ كَثِيرًا ﴿٣٣﴾
34. Twongere twibuke kwama tugushimagiza kenshi;	وَنَذْكُرَكَ كَثِيرًا ﴿٣٤﴾
35. Mu vy’ukuri, Wewe Wamye Uri Nyenukubona, ivyo dukora vyose Urabibona”.	إِنَّكَ كُنتَ بِنَا بَصِيرًا ﴿٣٥﴾
36. Imana Allah Yavuze Iti: “Musa! Ni ukuri wamaze kwemererwa ibisabo vyawe;	قَالَ قَدْ أُوتِيتَ سُؤْلَكَ يَٰمُوسَىٰ ﴿٣٦﴾
37. Kandi n’imbere y’ivyo bisabo Tukwemereye, ni ukuri Twaraguhaye izindi nema, igihe wari uruhinja Tukagukiza ububisha bwa Firawuni;	وَلَقَدْ مَنَنَّا عَلَيْكَ مَرَّةً أُخْرَىٰٓ ﴿٣٧﴾
38. Igihe Twebwe Allah Twereka nyoko wawe;	إِذْ أَوْحَيْنَآ إِلَىٰٓ أُمِّكَ مَا يُوحَىٰٓ ﴿٣٨﴾
39. Ko amaze kukwibaruka yogushira mw’isandugu, maze agaterera nya sandugu mu ruzi rwa Nili, nya ruzi rugaheza rukaguta ku nkengera zarwo, kugira umwansi wanje akaba n’umwansi wawe Firawuni agutore. Twaranaguhaye igikundiro maze ukundwa n’abantu, kugira urererwe aho Tugushinze amaso Tukubungabunge[1]”.	أَنِ ٱقْذِفِيهِ فِى ٱلتَّابُوتِ فَٱقْذِفِيهِ فِى ٱلْيَمِّ فَلْيُلْقِهِ ٱلْيَمُّ بِٱلسَّاحِلِ يَأْخُذْهُ عَدُوٌّ لِّى وَعَدُوٌّ لَّهُۥ ۚ وَأَلْقَيْتُ عَلَيْكَ مَحَبَّةً مِّنِّى وَلِتُصْنَعَ عَلَىٰ عَيْنِىٓ ﴿٣٩﴾

[1] Iyi Aayah iremeza ko Imana Allah Ifise amaso mu buryo buberanye n'icubahiro cayo.

إِذْ تَمْشِيٓ أُخْتُكَ فَتَقُولُ هَلْ أَدُلُّكُمْ عَلَىٰ مَن يَكْفُلُهُۥ ۖ فَرَجَعْنَٰكَ إِلَىٰٓ أُمِّكَ كَيْ تَقَرَّ عَيْنُهَا وَلَا تَحْزَنَ ۚ وَقَتَلْتَ نَفْسًا فَنَجَّيْنَٰكَ مِنَ ٱلْغَمِّ وَفَتَنَّٰكَ فُتُونًا ۚ فَلَبِثْتَ سِنِينَ فِىٓ أَهْلِ مَدْيَنَ ثُمَّ جِئْتَ عَلَىٰ قَدَرٍ يَٰمُوسَىٰ ﴿٤٠﴾

40. Twaranaguhaye inema mu kugushinga mushikawe agenda akurikirana isandugu washizwemwo, araheza abwira abagutoye ati: “Mbega mwonkundira nkabereka umuvyeyi yomwitaho, akamurera, akanamubonkereza!”. Gutyo Tubona kugusubiza kwa nyoko wawe umaze gushika mu kirimba kwa Firawuni, kugira agumize umutima mu nda, maze ntiyicwe n’intuntu yo kutakubona. Warishe n’umuntu w’Umunyagiputa ku mpanuka, Turaheza Tugukiza kwicwa n’agahinda ko gutinya kwihora ukicwa, Turanakugerageza igeragezwa rikomeye, maze ku gutinya kwicwa uja mu bantu ba Madiyani, uraheza ugumayo imyaka n’iyindi, hanyuma ni ho wava i Madiyani ugaruka kw’isango ryagezwe n’Imana Allah;

وَٱصْطَنَعْتُكَ لِنَفْسِى ﴿٤١﴾

41. Ni ukwo rero Naguteguye kugira ube Intumwa yanje.

ٱذْهَبْ أَنتَ وَأَخُوكَ بِـَٔايَٰتِى وَلَا تَنِيَا فِى ذِكْرِى ﴿٤٢﴾

42. Musa! Genda rero wewe hamwe na murumunawe Haruna, mugende mwitwaje ivyemezo vyanje vyerekana ukuri kw’ubutumwa bwanyu, kandi ntimuhengeshanye kuninahaza no kuntazira;

ٱذْهَبَآ إِلَىٰ فِرْعَوْنَ إِنَّهُۥ طَغَىٰ ﴿٤٣﴾

43. Nimugende kwa Firawuni uko muri babiri, mumurarikire kwemera no gusenga Imana Imwe Rudende Allah, mu vy’ukuri yarimonogoje mu bugarariji ararenza;

فَقُولَا لَهُۥ قَوْلًا لَّيِّنًا لَّعَلَّهُۥ يَتَذَكَّرُ أَوْ يَخْشَىٰ ﴿٤٤﴾

44. Maze mumubwire mu majambo yoroshe; hari n’aho yokwikebuka canke agatinya Imana yiwe Rurema Allah".

قَالَا رَبَّنَآ إِنَّنَا نَخَافُ أَن يَفْرُطَ عَلَيْنَآ أَوْ أَن يَطْغَىٰ ﴿٤٥﴾

45. Musa na Haruna baraheza bishura bati: “Mana yacu Rurema Allah! Mu vy’ukuri, turafise impungenge n’ubwoba ko Firawuni atwitanga akaduhana, canke akiguburiza agahakana ukuri amenya”.

قَالَ لَا تَخَافَآ ۖ إِنَّنِى مَعَكُمَآ أَسْمَعُ وَأَرَىٰ ﴿٤٦﴾

46. Imana Allah Ica Ibwira Musa na Haruna Iti: “Ntimutinye Firawuni namba; mu vy’ukuri, Jewe Allah Ndi kumwe na mwe, Ndumva ivyo muvuga kandi Ndabona n’ivyo mukora;

فَأْتِيَاهُ فَقُولَآ إِنَّا رَسُولَا رَبِّكَ فَأَرْسِلْ مَعَنَا بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ وَلَا تُعَذِّبْهُمْ ۖ قَدْ جِئْنَٰكَ بِـَٔايَةٍ مِّن رَّبِّكَ ۖ وَٱلسَّلَٰمُ عَلَىٰ مَنِ ٱتَّبَعَ ٱلْهُدَىٰٓ ﴿٤٧﴾

47. Nimuje kwa Firawuni muheze mumubwire muti: “Twebwe Twempi turi Intumwa z’Imana yawe Rurema Allah zarungitswe kuri wewe, ko woha Bene Israyeli ubwigenge, kandi ntukabacure bufuni na buhoro; ni ukuri, twaje tukuzaniye igitangaro kivuye ku Mana yawe Rurema Allah cerekana ukuri kwacu, harakagira amahoro yo kudahanwa n’Imana Allah uwuzokurikira uburongozi bwayo;

إِنَّا قَدْ أُوحِىَ إِلَيْنَآ أَنَّ ٱلْعَذَابَ عَلَىٰ مَن كَذَّبَ وَتَوَلَّىٰ ﴿٤٨﴾

48. Ni ukuri, twebwe twarahishuriwe n’Imana Allah ko Iha ibihano vyayo uwuzohakana akirengagiza amabwirizwa yayo””.

49. Firawuni araheza ababaza n'agasuzuguro n'akantu ati: "Musa! Mbega none, Imana yanyu Rurema Allah, ni nde?";

قَالَ فَمَن رَّبُّكُمَا يَٰمُوسَىٰ ﴿٤٩﴾

50. Musa yishura Firawuni ati: "Imana yacu Rurema Allah, Yahaye ikintu ico ari co cose indemo nziza ikibereye, Iraheza Irongora ikiremwa ico ari co cose ukuntu cibeshaho".

قَالَ رَبُّنَا ٱلَّذِىٓ أَعۡطَىٰ كُلَّ شَىۡءٍ خَلۡقَهُۥ ثُمَّ هَدَىٰ ﴿٥٠﴾

51. Firawuni abaza Musa ku mvo zo kumuhaririza ati: "Mbega none imigwi y'abantu bo hambere yacu badutanze mu bugarariji, uyivuzeko iki?".

قَالَ فَمَا بَالُ ٱلۡقُرُونِ ٱلۡأُولَىٰ ﴿٥١﴾

52. Musa arishura Firawuni ati: "Ubumenyi bw'ivyakozwe n'abo hambere yawe, bufiswe n'Imana yanje Rurema Allah, mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo, Imana yanje Rurema Allah ntiyihenda canke ngo Yibagire gushira mu ngiro ivyagezwe".

قَالَ عِلۡمُهَا عِندَ رَبِّى فِى كِتَٰبٖۖ لَّا يَضِلُّ رَبِّى وَلَا يَنسَى ﴿٥٢﴾

53. Ni Yo Yabaremeye isi ishashe kugira muyibeko vyoroshe, Ibacira inzira z'uruja n'uruza kuri nya si, Ituma hagwa n'imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, gutyo Twebwe Allah Turaheza Tumeresha ibiterwa n'ivyimeza vy'ubwoko butandukanye hakoreshejwe amazi ya nya mvura.

ٱلَّذِى جَعَلَ لَكُمُ ٱلۡأَرۡضَ مَهۡدٗا وَسَلَكَ لَكُمۡ فِيهَا سُبُلٗا وَأَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءٗ فَأَخۡرَجۡنَا بِهِۦٓ أَزۡوَٰجٗا مِّن نَّبَاتٖ شَتَّىٰ ﴿٥٣﴾

54. Bantu! Nimufungure rero mu vyiza bimera kw'isi, muheze muragire n'ibitungwa vyanyu ahari ubwatsi. Mu vy'ukuri muri ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo vyotuma abanyabwenge babushitse[1], batahura ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, bakayisenga ari Imwe Rudende.

كُلُواْ وَٱرۡعَوۡاْ أَنۡعَٰمَكُمۡۗ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَأٓيَٰتٖ لِّأُوْلِى ٱلنُّهَىٰ ﴿٥٤﴾

55. Bantu! Ni mw'ivu Twabaremye, ni na ryo nyene Tuzobasubizamwo mumaze gupfa, ni na ryo nyene kandi Tuzobazuramwo ku musi w'izuka kugira muharurirwe, muheze muhemberwe ivyo mwakoze.

۞مِنۡهَا خَلَقۡنَٰكُمۡ وَفِيهَا نُعِيدُكُمۡ وَمِنۡهَا نُخۡرِجُكُمۡ تَارَةً أُخۡرَىٰ ﴿٥٥﴾

56. Ni ukuri, Twarereteze Firawuni ivyemezo n'ibitangaro vyacu vyose vyerekana ukuri kwa Musa, maze arabihakana yivuye inyuma, aranka no kwumviriza ukuri.

وَلَقَدۡ أَرَيۡنَٰهُ ءَايَٰتِنَا كُلَّهَا فَكَذَّبَ وَأَبَىٰ ﴿٥٦﴾

57. Ni ho rero Firawuni yaheza akavuga ati: "Mbega Musa! Karashize ingani uze utwomore, udukure mu zacu ukoresheje ubukonikoni bwawe!".

قَالَ أَجِئۡتَنَا لِتُخۡرِجَنَا مِنۡ أَرۡضِنَا بِسِحۡرِكَ يَٰمُوسَىٰ ﴿٥٧﴾

58. Namba ari ubukonikoni bwobwo, dutegerezwa kuzana ubukonikoni nk'ubwo watuzaniye; gena rero isango nyezina tuzohurirako, maze ntihagire n'umwe asiba kuri nya sango, duheze duhurire ahantu abantu bashobora gushika ata wukumiriwe.

فَلَنَأۡتِيَنَّكَ بِسِحۡرٖ مِّثۡلِهِۦ فَٱجۡعَلۡ بَيۡنَنَا وَبَيۡنَكَ مَوۡعِدٗا لَّا نُخۡلِفُهُۥ نَحۡنُ وَلَآ أَنتَ مَكَانٗا سُوٗى ﴿٥٨﴾

[1] Abanyabwenge babushitse, ni abantu bafise ubwenge ndemanwa butuma barangwa n'ingeso nziza bagakora n'ivyiza.

59. Musa araheza abwira Firawuni ati: “Isango ryo guhurirako, ni ku musi w’ihimbazwa ry’ibirori, igihe abantu bazoba bambaye bakaberwa, bakazokorana mu gitondo izuba riva, bavuye mu mihingo yose”.

قَالَ مَوۡعِدُكُمۡ يَوۡمُ ٱلزِّينَةِ وَأَن يُحۡشَرَ ٱلنَّاسُ ضُحٗى ٥٩

60. Maze Firawuni agenza umugongo mu kwirengagiza ukuri yashikirijwe na Musa, araheza arararika abakonikoni biwe, hanyuma aritaba nya sango.

فَتَوَلَّىٰ فِرۡعَوۡنُ فَجَمَعَ كَيۡدَهُۥ ثُمَّ أَتَىٰ ٦٠

61. Ni ho Musa yabwira ba bakonikoni ba Firawuni abahanura ati: “Muragabe, ntimurementanirize Imana Allah, kuko Yobarandurana n’imizi mu kubahana, kandi ni ukuri yarahuvye uwurementaniriza Imana Allah”.

قَالَ لَهُم مُّوسَىٰ وَيۡلَكُمۡ لَا تَفۡتَرُواْ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبٗا فَيُسۡحِتَكُم بِعَذَابٖۖ وَقَدۡ خَابَ مَنِ ٱفۡتَرَىٰ ٦١

62. Ba bakonikoni baraheza rero barikebukana bahazana mw’ibanga nta ngere;

فَتَنَٰزَعُوٓاْ أَمۡرَهُم بَيۡنَهُمۡ وَأَسَرُّواْ ٱلنَّجۡوَىٰ ٦٢

63. Bavuga bati: “Nta nkeka ko Musa na Haruna bompi ari abakonikoni bashaka kubomora mu gihugu canyu bakoresheje ubukonikoni, maze bazimanganye uburyo mwahora mukoresha mu kuroga;

قَالُوٓاْ إِنۡ هَٰذَٰنِ لَسَٰحِرَٰنِ يُرِيدَانِ أَن يُخۡرِجَاكُم مِّنۡ أَرۡضِكُم بِسِحۡرِهِمَا وَيَذۡهَبَا بِطَرِيقَتِكُمُ ٱلۡمُثۡلَىٰ ٦٣

64. Nimwegeranye rero inguvu z’urwenge rwanyu, hanyuma mwunge urunani rw’intamenwa, muze muri umugwi umwe, muheze mutererere hasi rimwe ibikoresho vy’ubukonikoni mufise mu minwe, kandi kuri uno musi uwushika ku ntsinzi, ni uwunesha uwundi”.

فَأَجۡمِعُواْ كَيۡدَكُمۡ ثُمَّ ٱئۡتُواْ صَفّٗاۚ وَقَدۡ أَفۡلَحَ ٱلۡيَوۡمَ مَنِ ٱسۡتَعۡلَىٰ ٦٤

65. Ni ho rero ba bakonikoni bavuga bati: “Ewe Musa! Urashobora gutangura ugaterera hasi inkoni yawe, canke twebwe dutangure guterera hasi ivyo dufise”.

قَالُواْ يَٰمُوسَىٰٓ إِمَّآ أَن تُلۡقِيَ وَإِمَّآ أَن نَّكُونَ أَوَّلَ مَنۡ أَلۡقَىٰ ٦٥

66. Musa yabishuye ati: “Ahubwo mwebwe nimutangure”. Ni ho rero baterera hasi imizana n’inkoni vyabo. Ku kubera nya bukonikoni bwabo, Musa yarahunitswe ku buryo abona ivyo batereye hasi nk’aho ari inzoka zigendagenda;

قَالَ بَلۡ أَلۡقُواْۖ فَإِذَا حِبَالُهُمۡ وَعِصِيُّهُمۡ يُخَيَّلُ إِلَيۡهِ مِن سِحۡرِهِمۡ أَنَّهَا تَسۡعَىٰ ٦٦

67. Maze Musa atekerwa n’ubwoba;

فَأَوۡجَسَ فِي نَفۡسِهِۦ خِيفَةٗ مُّوسَىٰ ٦٧

68. Ni ho Twebwe Allah Twabwira Musa Duti: “Ntugire ubwoba na gato, mu vy’ukuri ni wewe utegerezwa kubanesha;

قُلۡنَا لَا تَخَفۡ إِنَّكَ أَنتَ ٱلۡأَعۡلَىٰ ٦٨

69. Terera hasi iyo nkoni ufise mu kuboko kwawe kw’iburyo, iraheza imiragure imizana n’inkoni batereye hasi; mu vy’ukuri ivyo batereye hasi, nta kirimwo kiretse ko ari urwenge rwo guhunika abantu, kandi umukonikoni aho azanana hose ntashobora gushika ku ntsinzi”.

وَأَلۡقِ مَا فِي يَمِينِكَ تَلۡقَفۡ مَا صَنَعُوٓاْۖ إِنَّمَا صَنَعُواْ كَيۡدُ سَٰحِرٖۖ وَلَا يُفۡلِحُ ٱلسَّاحِرُ حَيۡثُ أَتَىٰ ٦٩

70. Ni ho rero Musa yaterera nya nkoni hasi, ya nkoni ica iramiragura nya mizana n’inkoni vya ba bakonikoni, gutyo aba aratsinze. Ba bakonikoni baciye bubama, maze bavuga bati: “Twemeye Imana Rurema ya Musa na

فَأُلۡقِيَ ٱلسَّحَرَةُ سُجَّدٗا قَالُوٓاْ ءَامَنَّا بِرَبِّ هَٰرُونَ وَمُوسَىٰ ٧٠

Haruna, kuko ivyo twiboneye n'amaso, si ubukonikoni namba".

قَالَ ءَامَنتُمْ لَهُۥ قَبْلَ أَنْ ءَاذَنَ لَكُمْ ۖ إِنَّهُۥ لَكَبِيرُكُمُ ٱلَّذِى عَلَّمَكُمُ ٱلسِّحْرَ ۖ فَلَأُقَطِّعَنَّ أَيْدِيَكُمْ وَأَرْجُلَكُم مِّنْ خِلَٰفٍ وَلَأُصَلِّبَنَّكُمْ فِى جُذُوعِ ٱلنَّخْلِ وَلَتَعْلَمُنَّ أَيُّنَآ أَشَدُّ عَذَابًا وَأَبْقَىٰ ﴿٧١﴾

71. Firawuni yaciye abwira ba bakonikoni n'ishavu n'akantu, ati: "Ubu nyene murubahutse koko muremera Musa muranamukurikira imbere yuko ndabibarekurira! Mu vy'ukuri, biragaragaye ko Musa ari we mukuru wanyu yabigishije ubukonikoni! Kubera ivyo rero, ntegerezwa gucagagura amaboko n'amaguru yanyu binyuranije[1]; ntegerezwa no kubabamba ku bishitsi vy'itende, nta nkeka rero ko muheza mukamenya uwuhasha mu guhana mu buryo bwamaho, ko ari jewe canke Imana ya Musa".

قَالُوا۟ لَن نُّؤْثِرَكَ عَلَىٰ مَا جَآءَنَا مِنَ ٱلْبَيِّنَٰتِ وَٱلَّذِى فَطَرَنَا ۖ فَٱقْضِ مَآ أَنتَ قَاضٍ ۖ إِنَّمَا تَقْضِى هَٰذِهِ ٱلْحَيَوٰةَ ٱلدُّنْيَآ ﴿٧٢﴾

72. Ba bakonikoni baca babwira Firawuni bati: "Ntidushobora guhitamwo kugukurikira ngo tureke kwemera ivyemezo vyerekana ukuri kwa Musa no kwemera Imana Allah Yaturemye. Gira ivyo wipfuza mu kuduhana, mu vy'ukuri wewe ububasha bwawe udufiseko, ni ubwo mu buzima bwo kw'isi, ibihano vyawe biherera ng'aha kw'isi;

إِنَّآ ءَامَنَّا بِرَبِّنَا لِيَغْفِرَ لَنَا خَطَٰيَٰنَا وَمَآ أَكْرَهْتَنَا عَلَيْهِ مِنَ ٱلسِّحْرِ ۗ وَٱللَّهُ خَيْرٌ وَأَبْقَىٰٓ ﴿٧٣﴾

73. Mu vy'ukuri, twebwe twemeye Imana yacu Rurema Allah n'Intumwa Musa, twubahirije n'amabwirizwa yayo, kugira Itubabarire ivyaha vyacu n'ibicumuro vy'ubukonikoni waduhatiyeko gukora mu guhakana Musa. Burya Imana Allah, ni Yo Nyenindishi nziza kugusumba, Nyenibihano vyamaho ku bigaba;

إِنَّهُۥ مَن يَأْتِ رَبَّهُۥ مُجْرِمًا فَإِنَّ لَهُۥ جَهَنَّمَ لَا يَمُوتُ فِيهَا وَلَا يَحْيَىٰ ﴿٧٤﴾

74. Kukaba nkako, uwuzoza ku Mana yiwe Rurema Allah yarayigararije, azosanga yategekenirijwe ibihano mu muriro wa Jahannamu, ntazopfa muri nya muriro ngo awuruhuke, eka ntazonawubamwo ubuzima buhimbaye;

وَمَن يَأْتِهِۦ مُؤْمِنًا قَدْ عَمِلَ ٱلصَّٰلِحَٰتِ فَأُو۟لَٰٓئِكَ لَهُمُ ٱلدَّرَجَٰتُ ٱلْعُلَىٰ ﴿٧٥﴾

75. Nayo uwuzoza ku Mana yiwe Rurema Allah yarayemeye, akaba yaranakoze n'ibikorwa vyiza bitegetswe, azoba ari mu bategekanirijwe ivyubahiro vyo hejuru;

جَنَّٰتُ عَدْنٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا ۚ وَذَٰلِكَ جَزَٰٓؤُا۟ مَن تَزَكَّىٰ ﴿٧٦﴾

76. Imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni", musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazobubamwo ibihe bidahera, iyo ni na yo ndishi rero y'uwejeje umutima wiwe, akiyegereza Imana Allah mu vyo akora vyose akanayisenga atayibangikanya gushika gupfa".

وَلَقَدْ أَوْحَيْنَآ إِلَىٰ مُوسَىٰٓ أَنْ أَسْرِ بِعِبَادِى فَٱضْرِبْ لَهُمْ طَرِيقًا فِى ٱلْبَحْرِ يَبَسًا لَّا تَخَٰفُ دَرَكًا وَلَا تَخْشَىٰ ﴿٧٧﴾

77. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarahishuriye Musa Tumubwira Duti: "Kinjura muri iri joro, ugende ujanye abaja banje muri Bene Israyeli ubakure muri Misiri, maze ubacire inzira yumutse mw'ibahari, ntutinye na gato ko Firawuni

[1] Ukuboko kw'ukuryo hamwe n'ukuguru kw'ukubamfu, no ku rundi ruhande ukwo nyene.

n'ingabo ziwe bohava bagufata, eka ntunatinye ko wotwarwa ugasoma nturi".

78. Ni ho rero Musa yajana Bene Israyeli mw'ijoro, abacira inzira yumutse mw'ibahari, maze Firawuni amuja mu nyuma ari kumwe n'ingabo ziwe, baraheza batwarwa n'ibahari ku rugero ruzwi gusa n'Imana Allah, maze barasoma nturi bose, Musa n'abo bari kumwe baraheza barajabuka amahoro.

فَأَتۡبَعَهُمۡ فِرۡعَوۡنُ بِجُنُودِهِۦ فَغَشِيَهُم مِّنَ ٱلۡيَمِّ مَا غَشِيَهُمۡ ٧٨

79. Firawuni yarahubishije abantu biwe mu kubaryohereza ubugarariji, eka ntiyanabarongoye namba mu nzira igorororotse.

وَأَضَلَّ فِرۡعَوۡنُ قَوۡمَهُۥ وَمَا هَدَىٰ ٧٩

80. Emwe Bene Israyeli! Ni ukuri, nimwibuke igihe Twebwe Allah Tubakura kw'izosi umwansi wanyu Firawuni, Tukabaha n'isango ryo kubamanurira Tawurati amaja iburyo bw'akabande "Twuwa", Tukabamanurira "Manna[1]" hamwe na "Salwa[2]" mufungura igihe mwari mu bihano vyo kwangazwa.

يَٰبَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ قَدۡ أَنجَيۡنَٰكُم مِّنۡ عَدُوِّكُمۡ وَوَٰعَدۡنَٰكُمۡ جَانِبَ ٱلطُّورِ ٱلۡأَيۡمَنَ وَنَزَّلۡنَا عَلَيۡكُمُ ٱلۡمَنَّ وَٱلسَّلۡوَىٰ ٨٠

81. Nimurye rero mu vyiza birekuwe Twabaronkeje, kandi ntimuzokwirenganye mu gutandukira ibitarekuwe, mwohava mushikirwa n'ishavu ryanje Jewe Allah, kandi uwushikiwe n'ishavu ryanje, ni ukuri aba ahonye, ahomvye n'uruhombo nya ruhombo.

كُلُواْ مِن طَيِّبَٰتِ مَا رَزَقۡنَٰكُمۡ وَلَا تَطۡغَوۡاْ فِيهِ فَيَحِلَّ عَلَيۡكُمۡ غَضَبِي وَمَن يَحۡلِلۡ عَلَيۡهِ غَضَبِي فَقَدۡ هَوَىٰ ٨١

82. Mu vy'ukuri Jewe Allah, Ndi Nyenimbabazinyinshi ku wigaye ivyaha, agaheza akanyemera agakora n'ivyiza bitegetswe, hanyuma agatumbera inzira igorororotse gushika gupfa.

وَإِنِّي لَغَفَّارٞ لِّمَن تَابَ وَءَامَنَ وَعَمِلَ صَٰلِحٗا ثُمَّ ٱهۡتَدَىٰ ٨٢

83. Mbega Musa! Ni igiki catumye usiga abantu bawe inyuma, ukihutira kuza mu kabande ka "Twuwa"?

۞وَمَآ أَعۡجَلَكَ عَن قَوۡمِكَ يَٰمُوسَىٰ ٨٣

84. Musa yishuye Imana Allah ati: "Abantu banje bari inyuma yanje baraje. Nayo jewe nihutiye kuza iwawe Mana yanje Rurema Allah, kugira ndagushimishe".

قَالَ هُمۡ أُوْلَآءِ عَلَىٰٓ أَثَرِي وَعَجِلۡتُ إِلَيۡكَ رَبِّ لِتَرۡضَىٰ ٨٤

85. Imana Allah Yabwiye Musa Iti: "Mu vy'ukuri rero, Twebwe Allah mu nyuma zawe Twagerageje abantu bawe mu gusenga inyana y'inka, uwabahubishije akaba ari Saamiriy[3]".

قَالَ فَإِنَّا قَدۡ فَتَنَّا قَوۡمَكَ مِنۢ بَعۡدِكَ وَأَضَلَّهُمُ ٱلسَّامِرِيُّ ٨٥

86. Ni ho rero Musa yasubira inyuma ku bantu biwe ishavu riniga, atuntujwe n'ivyo bakoze, araheza ababwira ati: "Bantu banje! Imana yanyu Rurema Allah, ntiyabahaye isango ryiza ryo kubamanurira Tawurati, mwoba mwabonye ko nya sango riri kure, canke mwashatse ko Imana yanyu Rurema Allah Ibashavurira, muraheza

فَرَجَعَ مُوسَىٰٓ إِلَىٰ قَوۡمِهِۦ غَضۡبَٰنَ أَسِفٗاۚ قَالَ يَٰقَوۡمِ أَلَمۡ يَعِدۡكُمۡ رَبُّكُمۡ وَعۡدًا حَسَنًاۚ أَفَطَالَ عَلَيۡكُمُ ٱلۡعَهۡدُ أَمۡ أَرَدتُّمۡ أَن يَحِلَّ

[1] Ibirirarira vy'ibiti bisosa nk'ubuki.
[2] Inyama z'ubwoko bwinyoni.
[3] Yitwa Musa Al-Saamiriy.

muhitamwo guca kubiri n'isezerano ryanje, muca musenga inyana y'inka!".

عَلَيۡكُمۡ غَضَبٞ مِّن رَّبِّكُمۡ فَأَخۡلَفۡتُم مَّوۡعِدِي ٨٦

87. Abantu ba Musa bamwishuye bati: "Ntitwaciye kubiri n'isezerano ryawe tubishaka, ariko twakorewe ivyaha vy'ibisharizo vy'abantu ba Firawuni bihinguwe mu nzahabu[1], maze dutegekwa na Saamiriy guterera nya nzahabu mu kinogo c'umuriro ngo tugirirwe ikigongwe n'Imana Allah, ni nk'ukwo nyene rero Saamiriy yataye muri nya kinogo urushi rw'ivu ry'aho ifarasi ya Jibrili (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahonyoje ikinono".

قَالُواْ مَآ أَخۡلَفۡنَا مَوۡعِدَكَ بِمَلۡكِنَا وَلَٰكِنَّا حُمِّلۡنَآ أَوۡزَارٗا مِّن زِينَةِ ٱلۡقَوۡمِ فَقَذَفۡنَٰهَا فَكَذَٰلِكَ أَلۡقَى ٱلسَّامِرِيُّ ٨٧

88. Ni ukwo rero Saamiriy yabumbiye Bene Israyeli muri nya nzahabu igishusho c'inyana y'inka kimoka nk'inka. Saamiriy n'abamukurikiye babwiye abantu ba Musa bati: "Iyi, ni yo mana yanyu, ikaba n'imana ya Musa, Musa yasamaye ayisiga ng'aha!".

فَأَخۡرَجَ لَهُمۡ عِجۡلٗا جَسَدٗا لَّهُۥ خُوَارٞ فَقَالُواْ هَٰذَآ إِلَٰهُكُمۡ وَإِلَٰهُ مُوسَىٰ فَنَسِيَ ٨٨

89. Mbega abasenze igishusho c'inyana y'inka, ntibabona ko nya gishusho kitari gishoboye kubavugisha, canke ngo kibishure ivyo bakibajije, canke ko ata n'ico cobungura canke ngo kibicire!

أَفَلَا يَرَوۡنَ أَلَّا يَرۡجِعُ إِلَيۡهِمۡ قَوۡلٗا وَلَا يَمۡلِكُ لَهُمۡ ضَرّٗا وَلَا نَفۡعٗا ٨٩

90. Ni ukuri, Haruna yarabwiye Bene Israyeli imbere yuko Musa agaruka kubaraba, ati: "Emwe bantu banje! Mu vy'ukuri, mwageragejwe mu gusenga iki gishusho c'inyana y'inka, kugira hamenyekane umwemeramana canke umugarariji muri mwebwe! Mu vy'ukuri Imana yanyu Rurema Allah, ni Yo Nyenimbabazi ku batoni bayo, enda nyabuna rero, nimunkurikire mu vyo ndabararikira, maze munyumvire mu gusenga Imana Imwe Rudende Allah".

وَلَقَدۡ قَالَ لَهُمۡ هَٰرُونُ مِن قَبۡلُ يَٰقَوۡمِ إِنَّمَا فُتِنتُم بِهِۦۖ وَإِنَّ رَبَّكُمُ ٱلرَّحۡمَٰنُ فَٱتَّبِعُونِي وَأَطِيعُوٓاْ أَمۡرِي ٩٠

91. Bene Israyeli bishuye Haruna bati: "Ntiturota tureka gusenga igishusho c'inyana y'inka gushika Musa agarutse aha turi".

قَالُواْ لَن نَّبۡرَحَ عَلَيۡهِ عَٰكِفِينَ حَتَّىٰ يَرۡجِعَ إِلَيۡنَا مُوسَىٰ ٩١

92. Musa amaze kugaruka, yabwiye murumunawe Haruna, ati: "Igihe wabona ko bahuvye, ni igiki cagutumye ugumana na bo;

قَالَ يَٰهَٰرُونُ مَا مَنَعَكَ إِذۡ رَأَيۡتَهُمۡ ضَلُّوٓاْ ٩٢

93. Ukareka kunkurikira? Warenze n'ibigirankana kw'itegeko ryo kunsigarira mu kibanza c'ubuhanuzi".

أَلَّا تَتَّبِعَنِۖ أَفَعَصَيۡتَ أَمۡرِي ٩٣

94. Ni ho Musa yafata murumunawe Haruna mu kanigo, maze amukwega ubwanwa n'umushatsi, Haruna aca amubwira ati: "Mwana wa mama! Reka kunkwega ubwanwa n'umushatsi; ni ukuri, jewe natinye ko mu gihe nogukurikira wombwira uti: "Bene Israyeli wabaciyemwo

قَالَ يَبۡنَؤُمَّ لَا تَأۡخُذۡ بِلِحۡيَتِي وَلَا بِرَأۡسِيٓۖ إِنِّي خَشِيتُ أَن تَقُولَ فَرَّقۡتَ بَيۡنَ بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ وَلَمۡ تَرۡقُبۡ قَوۡلِي ٩٤

[1] Ni ibisharizo bihinguwe mu nzahabu, abakenyezi muri Bene Israyeli bari batiye ku bantu ba Firawuni ngo na bo bashaze ku musi w'ibirori, igihe Musa n'abarozi ba Firawuni bahurira hamwe. Nya bisharizo rero, baciye bagenda babitwaye.

imigwi, ntiwaheza ngo wubahirize impanuro naguhaye yo kubacungera!"".

قَالَ فَمَا خَطْبُكَ يَٰسَٰمِرِيُّ ﴿٩٥﴾

95. Musa yabajije Saamiriy ati: "Mbega Saamiriy! Wafashwe n'igiki catumye ugira ivyo wagize?".

قَالَ بَصُرْتُ بِمَا لَمْ يَبْصُرُواْ بِهِۦ فَقَبَضْتُ قَبْضَةً مِّنْ أَثَرِ ٱلرَّسُولِ فَنَبَذْتُهَا وَكَذَٰلِكَ سَوَّلَتْ لِى نَفْسِى ﴿٩٦﴾

96. Saamiriy yishuye Musa yiregura, ati: "Tumaze kujabuka ibahari, inyuma y'aho Firawuni n'ingabo ziwe basomeye nturi, nabonye ivyo batabonye; nabonye Jibrili ari kw'ifarasi, maze nca mfata urushi rw'ivu ry'aho ifarasi yiwe yahonyoje ikinono, iryo vu rero ni ryo natereye ku nzahabu zayongejwe mu kinogo c'umuriro, ndaheza mbumba igishusho c'inyana y'inka, kimoka nk'inka. Ukwo ni kwo nohejwe n'umutima wanje mubi".

قَالَ فَٱذْهَبْ فَإِنَّ لَكَ فِى ٱلْحَيَوٰةِ أَن تَقُولَ لَا مِسَاسَ ۖ وَإِنَّ لَكَ مَوْعِدًا لَّن تُخْلَفَهُۥ ۖ وَٱنظُرْ إِلَىٰٓ إِلَٰهِكَ ٱلَّذِى ظَلْتَ عَلَيْهِ عَاكِفًا ۖ لَّنُحَرِّقَنَّهُۥ ثُمَّ لَنَنسِفَنَّهُۥ فِى ٱلْيَمِّ نَسْفًا ﴿٩٧﴾

97. Musa yabwiye Saamiriy ati: "Va mu bandi rero ugende, mu vy'ukuri wewe, uzobaho uri igicibwa mu bantu, ubwira uwo muhuye wese uti: "Nta we nkorako, ntihagire n'uwunkorako!". Kandi ni ukuri, urafise isango ntarengwa wagenewe ryo guhanwa mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Ehe raba n'iherezo ry'imana yawe washishikaye gusenga, ni ukuri dutegerezwa kuyiturira, hanyuma tunyanyagize umunyota wayo mu ruzi, maze ntihagire n'udusigarira twayo dusigara.

إِنَّمَآ إِلَٰهُكُمُ ٱللَّهُ ٱلَّذِى لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ۚ وَسِعَ كُلَّ شَىْءٍ عِلْمًا ﴿٩٨﴾

98. Bantu! Mu vy'ukuri Imana yanyu ni Allah, nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, ubumenyi bwayo bukikuje ikintu ico ari co cose.

كَذَٰلِكَ نَقُصُّ عَلَيْكَ مِنْ أَنۢبَآءِ مَا قَدْ سَبَقَ ۚ وَقَدْ ءَاتَيْنَٰكَ مِن لَّدُنَّا ذِكْرًا ﴿٩٩﴾

99. Ntumwa y'Imana! Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twakwiganiye inkuru zo muri kahise ka Musa na Firawuni hamwe n'abantu babo - Tukwiganira n'inkuru yo muri kahise k'ab'aho hambere yawe. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaranaguhaye Qor'ani kugira ibe urwibutso ku bibuka bakikebuka.

مَّنْ أَعْرَضَ عَنْهُ فَإِنَّهُۥ يَحْمِلُ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ وِزْرًا ﴿١٠٠﴾

100. Uwuzokwirengagiza rero iyi Qor'ani, ntaheze ngo ayemere anayigendere, mu vy'ukuri, azoza ku musi w'izuka yiremetse umutwaro w'ivyaha amahanga;

خَٰلِدِينَ فِيهِ ۖ وَسَآءَ لَهُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ حِمْلًا ﴿١٠١﴾

101. Ari mu bazokwama mu bihano ibihe bidahera; kuri nya musi w'izuka, bazokwiremeka umutwaro mubi cane w'ivyaha;

يَوْمَ يُنفَخُ فِى ٱلصُّورِ ۚ وَنَحْشُرُ ٱلْمُجْرِمِينَ يَوْمَئِذٍ زُرْقًا ﴿١٠٢﴾

102. Umusi havugijwe inzamba igira kabiri y'izuka ry'ibiremwa, maze Tugashorera abagarariji kuri nya musi birabura, amaso na yo yatukuye kubera intureka z'uwo musi;

يَتَخَٰفَتُونَ بَيْنَهُمْ إِن لَّبِثْتُمْ إِلَّا عَشْرًا ﴿١٠٣﴾

103. Bongorerana hagati yabo bati: "Ntimwabaye kw'isi kiretse imisi cumi gusa".

نَّحْنُ أَعْلَمُ بِمَا يَقُولُونَ إِذْ يَقُولُ أَمْثَلُهُمْ طَرِيقَةً إِن لَّبِثْتُمْ إِلَّا يَوْمًا ﴿١٠٤﴾

104. Twebwe Allah, Turazi neza ivyo bazovuga bongorerana igihe uwutahura muri bo gusumba abandi azovuga ati: “Ntimwabaye kw’isi kiretse umusi umwe gusa”, mu kwerekana ko ubuzima bwo kw’isi ari bugufi cane ugereranije n’ubuzima bw’inyuma yo gupfa.

وَيَسْـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلْجِبَالِ فَقُلْ يَنسِفُهَا رَبِّى نَسْفًا ﴿١٠٥﴾

105. Ntumwa y’Imana! Abantu warungitsweko barakubaza ku vyerekeye impera n’imperuka y’imisozi! Bishure uti: “Imana yanje Rurema Allah Izoyivungagura, Iyisanze;

فَيَذَرُهَا قَاعًا صَفْصَفًا ﴿١٠٦﴾

106. Maze Isige isi iringaniye, inyerera nk’ibuye ry’isare, ata kinyabuzima na kimwe kiriko;

لَّا تَرَىٰ فِيهَا عِوَجًا وَلَآ أَمْتًا ﴿١٠٧﴾

107. Nta na hamwe kuri nya si, uzobona hagoramye, eka nta n’aho uzobona hatareha n’ahandi”.

يَوْمَئِذٍ يَتَّبِعُونَ ٱلدَّاعِىَ لَا عِوَجَ لَهُۥ ۖ وَخَشَعَتِ ٱلْأَصْوَاتُ لِلرَّحْمَٰنِ فَلَا تَسْمَعُ إِلَّا هَمْسًا ﴿١٠٨﴾

108. Kuri uwo musi, abantu bazokurikira ijwi ry’umuraritsi ararikira ibiremwa kuja kw’iyegeranirizo ry’ibiremwa; nta kiremwa na kimwe kitazokwumva iryo rarika, amajwi yose azoceceka ku kwicisha bugufi kuri Nyenimpuhwe Allah, nta co uzokwumva kiretse ubwongoshwe gusa.

يَوْمَئِذٍ لَّا تَنفَعُ ٱلشَّفَٰعَةُ إِلَّا مَنْ أَذِنَ لَهُ ٱلرَّحْمَٰنُ وَرَضِىَ لَهُۥ قَوْلًا ﴿١٠٩﴾

109. Kuri uwo musi, ivugira ry’umuntu ku caha yakoze, nta co rizoba rimaze kiretse ivugira ry’uwahawe uburenganzira na Nyenimpuhwe Allah, maze Agashima ivugira ryiwe[1].

يَعْلَمُ مَا بَيْنَ أَيْدِيهِمْ وَمَا خَلْفَهُمْ وَلَا يُحِيطُونَ بِهِۦ عِلْمًا ﴿١١٠﴾

110. Imana Allah Irazi neza inkuru z’ibiremwa vyose, kahise na kubu mu buzima bwo kw’isi, na kazoza kavyo mu buzima bw’inyuma yo gupfa. Nta n’umwe rero mu biremwa ashoboye guhetura ubumenyi bw’Imana Allah n’ukuntu Iteye.

۞وَعَنَتِ ٱلْوُجُوهُ لِلْحَىِّ ٱلْقَيُّومِ ۖ وَقَدْ خَابَ مَنْ حَمَلَ ظُلْمًا ﴿١١١﴾

111. Ibiremwa bizokwicisha bugufi kuri Nyenubugingo budashira nk’uko buyikwiye, Umuhagarikizi w’ibiremwa Yikwije muri vyose. Ni ukuri kuri uwo musi, uwiremetse irenganya ry’ibangikanyamana azohahombera koko.

وَمَن يَعْمَلْ مِنَ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَهُوَ مُؤْمِنٌ فَلَا يَخَافُ ظُلْمًا وَلَا هَضْمًا ﴿١١٢﴾

112. Uwo wese rero akoze ibikorwa vyiza bitegetswe, yemera Imana Allah, uyo nta mpungenge kuri we, ntatinye ko yorenganywa mu kwongererezwa ivyaha, eka ntanatinye ko yonagabanirizwa mu ndishi.

وَكَذَٰلِكَ أَنزَلْنَٰهُ قُرْءَانًا عَرَبِيًّا وَصَرَّفْنَا فِيهِ مِنَ ٱلْوَعِيدِ لَعَلَّهُمْ يَتَّقُونَ أَوْ يُحْدِثُ لَهُمْ ذِكْرًا ﴿١١٣﴾

113. Ni nk’uko nyene rero Twebwe Allah - Twakundishije abemeramana gukora ivyiza Tukihaniza abagarariji kuguma mu bugaba n’ubuhakanyi - Twamanuye Qor’ani mu rurimi rw’icarabu kugira abantu bayitahure, Twaranatomoye bikwiye muri Qor’ani uburyo butandukanye bwo kwihaniza kugira batinye mu kwubahiriza amabwiriza y'Imana Allah, canke nya Qor’ani itume bibuka baheze bikebuke.

---

[2] Ukuvugira uwundi ku musi w’izuka ku vyaha yakoze, kuzorekurirwa gusa umwemeramana vy’ukuri.

فَتَعَٰلَى ٱللَّهُ ٱلۡمَلِكُ ٱلۡحَقُّۗ وَلَا تَعۡجَلۡ بِٱلۡقُرۡءَانِ مِن قَبۡلِ أَن يُقۡضَىٰٓ إِلَيۡكَ وَحۡيُهُۥۖ وَقُل رَّبِّ زِدۡنِي عِلۡمٗا ١١٤

114. Nihahabwe icubahiro nta ngere Imana Allah, Umwami Aganza vyose, Nyakuri[1]. Ntumwa y'Imana! Ntukihutire rero gusubiramwo Qor'ani mu gihe co kuyihishurirwa imbere yuko Jibrili aheraheza gusoma; ha kwihutira kuyisubiramwo, uraheza uvuge uti: "Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye Unyongerereze ubumenyi ku bwo Wampaye".

وَلَقَدۡ عَهِدۡنَآ إِلَىٰٓ ءَادَمَ مِن قَبۡلُ فَنَسِيَ وَلَمۡ نَجِدۡ لَهُۥ عَزۡمٗا ١١٥

115. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarahanuye Adamu imbere yuko afungura ku camwa, ko atohirahira ngo agifungureko, maze aribagira igihe yoshwa na Ibilisi, nta n'ishaka Twasanze afise ryo kwubahiriza ibwirizwa Twamuhaye.

وَإِذۡ قُلۡنَا لِلۡمَلَٰٓئِكَةِ ٱسۡجُدُواْ لِأٓدَمَ فَسَجَدُوٓاْ إِلَّآ إِبۡلِيسَ أَبَىٰ ١١٦

116. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Twebwe Allah, Twabwiriza abamalayika hamwe na Ibilisi Duti: "Nimwubamire Adamu mumuhe icubahiro kimukwiye"; abamalayika baraheza baragamburuka barubama, kiretse Ibilisi yanse kumwubamira.

فَقُلۡنَا يَٰٓـَٔادَمُ إِنَّ هَٰذَا عَدُوّٞ لَّكَ وَلِزَوۡجِكَ فَلَا يُخۡرِجَنَّكُمَا مِنَ ٱلۡجَنَّةِ فَتَشۡقَىٰٓ ١١٧

117. Ni ho rero Twavuga Duti: "Ewe Adamu! Mu vy'ukuri uyo Ibilisi, ni umwansi wawe, wewe hamwe n'umukenyezi wawe Hawa, muramwiyubara rero ntimuzomwumvire namba, ngo ahave abakura mu Bwami bw'ijuru, aho uzocumukura uramutse ubuvuyemwo.

إِنَّ لَكَ أَلَّا تَجُوعَ فِيهَا وَلَا تَعۡرَىٰ ١١٨

118. Ewe Adamu! Muri ubu Bwami bw'ijuru uzobaho uhiriwe; uzofungura, inzara uzobaza; uzokwambara ku buryo ubwambure bwawe butazogaragara;

وَأَنَّكَ لَا تَظۡمَؤُاْ فِيهَا وَلَا تَضۡحَىٰ ١١٩

119. Ntuzonanyoterwa muri nya Bwami, eka ntuzokwigera wicwa n'ubushuhe bw'izuba".

فَوَسۡوَسَ إِلَيۡهِ ٱلشَّيۡطَٰنُ قَالَ يَٰٓـَٔادَمُ هَلۡ أَدُلُّكَ عَلَىٰ شَجَرَةِ ٱلۡخُلۡدِ وَمُلۡكٖ لَّا يَبۡلَىٰ ١٢٠

120. Shetani yaroheje Adamu, maze imubwira iti: "Ewe Adamu! Mbega ndakwereke igiti mu gihe wogifungurako, wobaho ubutagipfa, ukaronka n'ubwami budahera?".

فَأَكَلَا مِنۡهَا فَبَدَتۡ لَهُمَا سَوۡءَٰتُهُمَا وَطَفِقَا يَخۡصِفَانِ عَلَيۡهِمَا مِن وَرَقِ ٱلۡجَنَّةِۚ وَعَصَىٰٓ ءَادَمُ رَبَّهُۥ فَغَوَىٰ ١٢١

121. Ni ho rero Adamu na Hawa bafungura kuri nya giti babuzwa n'Imana Allah kugifungurako, ubwambure bwabo buca buragaragara, babona bambaye ubusa, baca batangura gukorora amababi y'ibiti vyo mu Bwami bw'ijuru ngo bapfuke ubwambure bwabo bugaragara, Adamu aba aciye kubiri n'ibwirizwa yahawe n'Imana yiwe Rurema Allah, maze arahuba.

ثُمَّ ٱجۡتَبَٰهُ رَبُّهُۥ فَتَابَ عَلَيۡهِ وَهَدَىٰ ١٢٢

122. Mu nyuma ni ho Adamu, Imana yiwe Rurema Allah Yamutora, Iramwumvira ukwigaya kwiwe, Iraheza Iramurongora mu nzira yayo.

---

[1] Ukubaho kwayo n'ibikomoka kuri Yo vyose, ni ukuri, nta makenga canke amazinda ari mu mazina n'amatazirano yayo, kibure mu bumana bwayo.

123. Imana Allah Yabwiye Adamu na Hawa Iti: “Nimuve mu Bwami bw’ijuru mumanuke kw’isi mwese muri kumwe na Ibilisi, mwebwe na we mwamaze gucika abansi hagati yanyu; nimwashikirwa n’uburongozi buvuye iwanje, uwuzokurikira uburongozi bwanje muri mwebwe, ntazokwigera ahuba kw’isi, eka ntazonagorwa mu buzima bw’inyuma yo gupfa;

قَالَ ٱهۡبِطَا مِنۡهَا جَمِيعَۢاۖ بَعۡضُكُمۡ لِبَعۡضٍ عَدُوّٞۖ فَإِمَّا يَأۡتِيَنَّكُم مِّنِّي هُدٗى فَمَنِ ٱتَّبَعَ هُدَايَ فَلَا يَضِلُّ وَلَا يَشۡقَىٰ ١٢٣

124. Nayo uwuzogenza umugongo mu kwirengagiza uburongozi bwanje, mu vy’ukuri azobaho ubuzima bw’ivyago n’amaganya kw’isi[1], Duheze Tumuzure ku musi w’izuka ari impumyi kuko yirengagije kubona ukuri kw’ivyemezo vyacu akiri kw’isi”;

وَمَنۡ أَعۡرَضَ عَن ذِكۡرِي فَإِنَّ لَهُۥ مَعِيشَةٗ ضَنكٗا وَنَحۡشُرُهُۥ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ أَعۡمَىٰ ١٢٤

125. Azoheza avuge ati: “Mana yanje Rurema Allah! Ni kuki Wanzuye ndi impumyi kandi nkiri kw’isi nahora mbona ukuri kwamye?”.

قَالَ رَبِّ لِمَ حَشَرۡتَنِيٓ أَعۡمَىٰ وَقَدۡ كُنتُ بَصِيرٗا ١٢٥

126. Imana Allah Izomwishura Iti: “Nakuzuye uri impumyi, kuko ivyemezo vyanje vyagushikiriye ukiri kw’isi uravyirengagiza, ntiwavyemera, ni nk’ukwo nyene rero Twebwe Allah Tukwirengagije kuri uno musi Tukaguta no mu muriro”.

قَالَ كَذَٰلِكَ أَتَتۡكَ ءَايَٰتُنَا فَنَسِيتَهَاۖ وَكَذَٰلِكَ ٱلۡيَوۡمَ تُنسَىٰ ١٢٦

127. Ni nk’uko nyene rero Twebwe Allah - Tuzohana abirengagije ivyemezo vyacu - Duhana kw’isi uwimonogoje mu butumva, ntaheze ngo yemere ivyemezo vy’Imana yiwe Rurema Allah; ni ukuri, n’ibihano yategekanirijwe mu buzima bw’inyuma yo gupfa, birakaze kandi vyamaho.

وَكَذَٰلِكَ نَجۡزِي مَنۡ أَسۡرَفَ وَلَمۡ يُؤۡمِنۢ بِـَٔايَٰتِ رَبِّهِۦۚ وَلَعَذَابُ ٱلۡأٓخِرَةِ أَشَدُّ وَأَبۡقَىٰٓ ١٢٧

128. Ntumwa y’Imana! Mbega abantu warungitsweko, ibihano vy’ihonywa ry’imigwi myinshi Twahoneje aho hambere yabo, ntibiratuma batumbera inzira igororotse, kandi baca ahahoze imihana yabo, bakabona n’ibisigarira vya nya bihano! Mu vy’ukuri muri iryo honywa ry’imigwi myinshi, ni ukuri harimwo inkebuzo ku banyabwenge babushitse.

أَفَلَمۡ يَهۡدِ لَهُمۡ كَمۡ أَهۡلَكۡنَا قَبۡلَهُم مِّنَ ٱلۡقُرُونِ يَمۡشُونَ فِي مَسَٰكِنِهِمۡۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَٰتٖ لِّأُوْلِي ٱلنُّهَىٰ ١٢٨

129. Iyo rero hataba isezerano ry’Imana yawe Rurema Allah Yamaze gutanga ryo kudahonya abantu warungitsweko, mu kurindiriza ibihano vy’umwe wese mu buzima bw’inyuma yo gupfa, ni ukuri vyari kuba ngombwa ko bahonywa bakiri kw’isi kubera igarariza ryabo.

وَلَوۡلَا كَلِمَةٞ سَبَقَتۡ مِن رَّبِّكَ لَكَانَ لِزَامٗا وَأَجَلٞ مُّسَمّٗى ١٢٩

130. Ntumwa y’Imana! Ihanganire rero ivyo abagarariji bavuga, uheze uremururire umushaha, uninahaze Imana yawe Rurema Allah mu kuyishimagiza mw’isengesho ryo mu mutwenzi imbere yuko izuba riseruka, no mw’isengesho ryo ku muhingamo imbere yuko izuba

فَٱصۡبِرۡ عَلَىٰ مَا يَقُولُونَ وَسَبِّحۡ بِحَمۡدِ رَبِّكَ قَبۡلَ طُلُوعِ ٱلشَّمۡسِ وَقَبۡلَ غُرُوبِهَاۖ وَمِنۡ ءَانَآيِٕ ٱلَّيۡلِ فَسَبِّحۡ وَأَطۡرَافَ ٱلنَّهَارِ لَعَلَّكَ تَرۡضَىٰ ١٣٠

[1] N’aho umuraba wogira ngo abayeho yorohewe, ahimbawe.

rirenga, no mw'isengesho ryo ku mugoroba bumaze guhwibira, wongere uninahaze Imana yawe Rurema Allah mw'isengesho ryo ku musase mu bihe vy'igicamusi, no mw'isengesho ryo kukirengazuba kugira uhemberwe ivyo bikorwa indishi igushimisha.

131. Kandi ntukarangamize wipfuza kuronka ivyo Twahaye bamwe mu bagarariji, mu bihendamaso vy'isi bitandukanye kugira Tubibageragerezeko; ibikubeshaho uronkejwe n'Imana yawe Rurema Allah hamwe n'indishi zayo, ni vyo vyiza gusumba ivyo bihendamaso vy'isi, kandi ni na vyo vyamaho.

وَلَا تَمُدَّنَّ عَيْنَيْكَ إِلَىٰ مَا مَتَّعْنَا بِهِۦٓ أَزْوَٰجًا مِّنْهُمْ زَهْرَةَ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا لِنَفْتِنَهُمْ فِيهِ ۚ وَرِزْقُ رَبِّكَ خَيْرٌ وَأَبْقَىٰ ﴿١٣١﴾

132. Muvugishwamana! Bwiriza umuryango wawe gusenga, wongere wihanganire kwamizako gusenga; ntitugusavye icotubeshaho, ni Twebwe Allah Tukubeshaho Tukakuronsa n'ivyo ukeneye. Burya iherezo ryiza kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni iry'abagamburukiramana.

وَأْمُرْ أَهْلَكَ بِٱلصَّلَوٰةِ وَٱصْطَبِرْ عَلَيْهَا ۖ لَا نَسْـَٔلُكَ رِزْقًا ۖ نَّحْنُ نَرْزُقُكَ ۗ وَٱلْعَٰقِبَةُ لِلتَّقْوَىٰ ﴿١٣٢﴾

133. Ntumwa y'Imana! Abaguhakana bavuze bati: "Ubwo Muhamadi ntiyari gupfuma atuzanira icemezo kivuye ku Mana yiwe Rurema Allah, cemeza ko ari Intumwa vy'ukuri!". Mbega ntibashikiriwe na Qor'ani ishimangira ukuri kuri mu Bitabu vyo hambere yayo!

وَقَالُوا۟ لَوْلَا يَأْتِينَا بِـَٔايَةٍ مِّن رَّبِّهِۦٓ ۚ أَوَلَمْ تَأْتِهِم بَيِّنَةُ مَا فِى ٱلصُّحُفِ ٱلْأُولَىٰ ﴿١٣٣﴾

134. Iyo Tubahana Tukababonya imbere yuko Tubarungikira Intumwa Tukanabamanurira Qor'ani, bari kuvuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Ntiwari kubanza Ukaturungikira Intumwa maze tukayemera, tugakurikira na Aayah n'amabwirizwa yawe, imbere yuko dusuzugurika tugateterezwa n'ibihano vyawe!".

وَلَوْ أَنَّآ أَهْلَكْنَٰهُم بِعَذَابٍ مِّن قَبْلِهِۦ لَقَالُوا۟ رَبَّنَا لَوْلَآ أَرْسَلْتَ إِلَيْنَا رَسُولًا فَنَتَّبِعَ ءَايَٰتِكَ مِن قَبْلِ أَن نَّذِلَّ وَنَخْزَىٰ ﴿١٣٤﴾

135. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire ababangikanyamana, uti: "Umwe wese muri twebwe na mwe, ararindiriye ikizomushikira kuri ino si, caba ineza canke inabi, nimurindire rero, muzoteba mumenya muri twebwe na mwe abari mu nzira itumbereye n'abagororotsi batumbereye ukuri".

قُلْ كُلٌّ مُّتَرَبِّصٌ فَتَرَبَّصُوا۟ ۖ فَسَتَعْلَمُونَ مَنْ أَصْحَٰبُ ٱلصِّرَٰطِ ٱلسَّوِىِّ وَمَنِ ٱهْتَدَىٰ ﴿١٣٥﴾

21. Al-Ambiyaa-i (Abavugishwamana)
Aayah 112, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Iharurirwa ry'abantu ku vyo bakoze vuba bwango rirashika, mu gihe abagarariji bari mu gusamazwa n'ivy'isi, birengagiza iri gabishwa.

ٱقْتَرَبَ لِلنَّاسِ حِسَابُهُمْ وَهُمْ فِى غَفْلَةٍ مُّعْرِضُونَ ﴿١﴾

مَا يَأۡتِيهِم مِّن ذِكۡرٖ مِّن رَّبِّهِم مُّحۡدَثٍ إِلَّا ٱسۡتَمَعُوهُ وَهُمۡ يَلۡعَبُونَ ٢

2. Nta kintu na kimwe kibashikira kiva ku Mana yabo Rurema Allah muri Qor'ani, ngo kibabere urwibutso, kiretse ko bacumviriza batebura bakagifata minenegwe.

لَاهِيَةٗۚ قُلُوبُهُمۡۗ وَأَسَرُّواْ ٱلنَّجۡوَى ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ هَلۡ هَٰذَآ إِلَّا بَشَرٞ مِّثۡلُكُمۡۖ أَفَتَأۡتُونَ ٱلسِّحۡرَ وَأَنتُمۡ تُبۡصِرُونَ ٣

3. Imitima yabo yaragoswe n'ibihendamaso vy'isi bituma batanyurwa na Qor'ani. Ahubwo rero abirenganije mu Bakorayishi, barihereereye kugira ngo bapfundike mu mpisho ico bokora mu kuburagiza abantu kwemera Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), baraheza bakwiragiza igihuha bati: "Muhamadi si ikindi kiretse ko ari umuntu nkamwe. Karashize ingani ngo muje kwumviriza ubukonikoni bwa Qor'ani kandi mubona ko bushikirizwa n'umuntu asanzwe nkamwe!".

قَالَ رَبِّي يَعۡلَمُ ٱلۡقَوۡلَ فِي ٱلسَّمَآءِ وَٱلۡأَرۡضِۖ وَهُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلۡعَلِيمُ ٤

4. Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabishuye ati: "Imana yanje Rurema Allah, Irazi ibivugwa mw'ijuru no kw'isi, ni na Yo Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga, Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo mukora n'ivyo muzirikana".

بَلۡ قَالُوٓاْ أَضۡغَٰثُ أَحۡلَٰمِۭ بَلِ ٱفۡتَرَىٰهُ بَلۡ هُوَ شَاعِرٞ فَلۡيَأۡتِنَا بِـَٔايَةٖ كَمَآ أُرۡسِلَ ٱلۡأَوَّلُونَ ٥

5. Ahubwo rero, abagarariji bahakana bivuye inyuma n'ibigirankana Qor'ani; muri bo, harimwo abavuga ko Qor'ani ari indoto z'uwurazirana ata kuri kurimwo; hakaba n'abandi bavuga ko ahubwo ari amajambo y'irementanya; hari n'abinamura mu kuvuga ko Muhamadi ari umwivuzi w'amazina y'ab'aho hambere; niyaba rero ashaka ko tumwemera, arazana igitangaro gifadika; nk'ibitangaro vyahawe ab'aho hambere yiwe[1].

مَآ ءَامَنَتۡ قَبۡلَهُم مِّن قَرۡيَةٍ أَهۡلَكۡنَٰهَاۖ أَفَهُمۡ يُؤۡمِنُونَ ٦

6. Imbere y'abagarariji b'i Makka, nta banyagacimbiri na bamwe bigeze bemera kuko bahawe ibitangaro basavye Intumwa zabo, ahubwo barahakanye bivuye inyuma nya bitangaro, maze Turabahonya. Vyoshoboka gute rero ko abagarariji b'i Makka bokwemera babanje guhabwa ibitangaro!

وَمَآ أَرۡسَلۡنَا قَبۡلَكَ إِلَّا رِجَالٗا نُّوحِيٓ إِلَيۡهِمۡۖ فَسۡـَٔلُوٓاْ أَهۡلَ ٱلذِّكۡرِ إِن كُنتُمۡ لَا تَعۡلَمُونَ ٧

7. Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah, Ntitwigeze Dutuma mu bantu b'aho hambere yawe, kiretse ko Twatuma Intumwa mu bantu b'abagabo baba mu bisagara, eka ntibari mu bamalayika namba, Tugaheza rero Tugahishurira nya Ntumwa amabwirizwa yacu. Babangikanyamana! Nimwaba mutemera ivyo, murabaza abamenyi mu bahawe Ibitabu, bazobabwira ko Intumwa zose zarungitswe zava mu bantu b'abagabo, nimwaba mutazi ko vyari ukwo.

[1] Nk'ingamiya yahawe Swalehe n'ibitangaro vyahawe Musa na Isa (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah),

8. Kandi nya Ntumwa, ntitwaziremye ari ibitumbatumba gusa mu buryo butandukanye n'abantu, ngo ntizikenere gufungura no kunywa, eka ntizanabayeho ibihe bidahera ngo ntizipfe.

وَمَا جَعَلْنَٰهُمْ جَسَدًا لَّا يَأْكُلُونَ ٱلطَّعَامَ وَمَا كَانُوا۟ خَٰلِدِينَ ﴿٨﴾

9. Hanyuma Twarashiriye mu ngiro nya Ntumwa isezerano ry'intsinzi, Turaheza Turazirokora ziri kumwe n'abo Dushatse mu bazikurikiye, maze Duhonya abimonogoje mu bugarariji.

ثُمَّ صَدَقْنَٰهُمُ ٱلْوَعْدَ فَأَنجَيْنَٰهُمْ وَمَن نَّشَآءُ وَأَهْلَكْنَا ٱلْمُسْرِفِينَ ﴿٩﴾

10. Ni ukuri, Twarabamanuriye Igitabu ca Qor'ani kirimwo iteka n'icubahiro canyu kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa nimwaba mwibuka. Mbega ntimugira ubwenge ngo mutahure ko mwatewe iteka gusumba abandi!

لَقَدْ أَنزَلْنَآ إِلَيْكُمْ كِتَٰبًا فِيهِ ذِكْرُكُمْ ۚ أَفَلَا تَعْقِلُونَ ﴿١٠﴾

11. Hari uducimbiri twinshi Twahoneje bene two birenganije mu kugarariza ivyo bazaniwe n'Intumwa zabo, Turaheza mu nyuma zabo Tuhacumbikira abandi bantu.

وَكَمْ قَصَمْنَا مِن قَرْيَةٍ كَانَتْ ظَالِمَةً وَأَنشَأْنَا بَعْدَهَا قَوْمًا ءَاخَرِينَ ﴿١١﴾

12. Igihe rero abirenganije muri nya ducimbiri babona ibihano vyacu Twebwe Allah bigiye kubashikira, barataye baromoka, barata barahunga;

فَلَمَّآ أَحَسُّوا۟ بَأْسَنَآ إِذَا هُم مِّنْهَا يَرْكُضُونَ ﴿١٢﴾

13. Ni ho baca babwirwa ku gahemo bati: "Ntimuhunge namba, nimusubire kuryoherwa n'ibihendamaso vy'isi, maze mugaruke mu nyubakwa zanyu mwahora mwiratira, kugira mubazwe ku vyabashikiye";

لَا تَرْكُضُوا۟ وَٱرْجِعُوٓا۟ إِلَىٰ مَآ أُتْرِفْتُمْ فِيهِ وَمَسَٰكِنِكُمْ لَعَلَّكُمْ تُسْـَٔلُونَ ﴿١٣﴾

14. Nta nyishu baronse irenga ivyo bakoze bakavuga bati: "Amagogwa arama yemwe! Mu vy'ukuri, twarirenganije mu kugarariza";

قَالُوا۟ يَٰوَيْلَنَآ إِنَّا كُنَّا ظَٰلِمِينَ ﴿١٤﴾

15. Ntibaretse kuguma bisabira uguhona bihebuye gushika n'aho Tubahonereje Tukabagira nk'igiterwa caranduwe kikumagana, babaye intumbi zibereye aho[1].

فَمَا زَالَت تِّلْكَ دَعْوَىٰهُمْ حَتَّىٰ جَعَلْنَٰهُمْ حَصِيدًا خَٰمِدِينَ ﴿١٥﴾

16. Twebwe Allah, Ntitwaremye ijuru n'isi n'ibiri hagati yavyo ku busa, ata hangiro Tubifiseko, Twabiremye kugira mutahure ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, muheze mumenye ko ari Yo mukwiye kwiyegereza mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende.

وَمَا خَلَقْنَا ٱلسَّمَآءَ وَٱلْأَرْضَ وَمَا بَيْنَهُمَا لَٰعِبِينَ ﴿١٦﴾

17. Iyo Dushaka kwigenera rero ibisamaza; nk'umwana canke umugore, Twari kuvyigenera mu biri iwacu mw'ijuru[2], si muri mwebwe abantu; ntitwari kubigira ukwo ngo Twigenere umwana canke umugore kuko bitabaho;

لَوْ أَرَدْنَآ أَن نَّتَّخِذَ لَهْوًا لَّٱتَّخَذْنَٰهُ مِن لَّدُنَّآ إِن كُنَّا فَٰعِلِينَ ﴿١٧﴾

18. Ahubwo Dufata ukuri kw'ukwemera Tukakugaragaza, maze ikinyoma c'ubugarariji kigakubitirwa ahabona, kikagenda amazimayongo. Babangikanyamana!

بَلْ نَقْذِفُ بِٱلْحَقِّ عَلَى ٱلْبَٰطِلِ فَيَدْمَغُهُۥ فَإِذَا هُوَ زَاهِقٌ ۚ وَلَكُمُ ٱلْوَيْلُ مِمَّا تَصِفُونَ ﴿١٨﴾

[1] Muri iyi Aayah harimwo igabisha rikomeye ku bantu barungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ko mu gihe bobandanya guhakana iyo Ntumwa, boshikirwa n'ibihano nk'ivyashikiye abantu bo hambere yabo.

[2] Mu bamalayika no mu bakenyezi b'akaroruhore bo mu Bwami bw'ijuru "Hururayini".

Murategekanirijwe ibihano nya bihano mu buzima bw'inyuma yo gupfa ku kwitirira Imana Allah ibitayibereye.

19. Ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiremwa vyose biri mu majuru no mw'isi, kandi n'abamalayika bari ku Mana Allah, ntibagira amanyama ngo bareke kuyiyegereza mu vyo bagira, eka ntibanadebukirwa mu kuyisenga;

وَلَهُۥ مَن فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۚ وَمَنۡ عِندَهُۥ لَا يَسۡتَكۡبِرُونَ عَنۡ عِبَادَتِهِۦ وَلَا يَسۡتَحۡسِرُونَ ١٩

20. Baninahaza Imana Allah ijoro n'umurango, ntibigera baruha canke ngo bagire ubute.

يُسَبِّحُونَ ٱلَّيۡلَ وَٱلنَّهَارَ لَا يَفۡتُرُونَ ٢٠

21. Bishoboka gute ko ababangikanyamana bigirira imana zabo bibaziye n'iminwe yabo kw'isi, ata na kimwe zishoboye!

أَمِ ٱتَّخَذُوٓاْ ءَالِهَةٗ مِّنَ ٱلۡأَرۡضِ هُمۡ يُنشِرُونَ ٢١

22. Iyo mu majuru n'isi haba hariyo imana zindi atari Imana Allah, zitunganya ubuzima bw'ibiremwa bibayo, itunganywa rya nya buzima ryari guhungabana. Nihaninahazwe rero Imana Allah, Nyenubuhangamo mu buryo burengeye cane ivyo abagarariji bayitirira.

لَوۡ كَانَ فِيهِمَآ ءَالِهَةٌ إِلَّا ٱللَّهُ لَفَسَدَتَاۚ فَسُبۡحَٰنَ ٱللَّهِ رَبِّ ٱلۡعَرۡشِ عَمَّا يَصِفُونَ ٢٢

23. Imana Allah ntibazwa ku vyo Yageze ku biremwa Ikanabishira mu ngiro[1], mu gihe ibiremwa vyose bizobazwa ku vyo vyakoze.

لَا يُسۡـَٔلُ عَمَّا يَفۡعَلُ وَهُمۡ يُسۡـَٔلُونَ ٢٣

24. Mbega ababangikanyamana bigiriye imana mu gishingo c'Imana Allah kuko zoba zishoboye kugira ico zimaze canke zishe; zishoboye gutanga ubuzima canke kubwaka! Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Nimuzane rero ivyemezo vyerekana ko ibigirwamana ari imana koko zikwiye gusengwa! Nta na kimwe kivyemeza kiri muri iyi Qor'ani nahishuriwe, canke kiri mu Bitabu vyahawe abo hambere yanje". Ahubwo rero ababangikanyamana basenga ibigirwamana ku bujuju bwo kwigana ivyo batazi, kuko abenshi muri bo ntibazi ukuri; n'iyo bashikirijwe ukuri barakwirengagiza.

أَمِ ٱتَّخَذُواْ مِن دُونِهِۦٓ ءَالِهَةٗۖ قُلۡ هَاتُواْ بُرۡهَٰنَكُمۡۖ هَٰذَا ذِكۡرُ مَن مَّعِيَ وَذِكۡرُ مَن قَبۡلِيۚ بَلۡ أَكۡثَرُهُمۡ لَا يَعۡلَمُونَ ٱلۡحَقَّ فَهُم مُّعۡرِضُونَ ٢٤

25. Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah, Ntitwigeze Dutuma aho hambere yawe, kiretse ko Twatuma Intumwa Tugaheza rero Tukayihishurira ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Jewe Allah. Kubera ivyo rero, nimunyiyegereze mu vyo mukora vyose munsenge mutambangikanya.

وَمَآ أَرۡسَلۡنَا مِن قَبۡلِكَ مِن رَّسُولٍ إِلَّا نُوحِيٓ إِلَيۡهِ أَنَّهُۥ لَآ إِلَٰهَ إِلَّآ أَنَا۠ فَٱعۡبُدُونِ ٢٥

26. Ababangikanyamana bavuze bati: "Nyenimpuhwe Allah, Yarigeneye umwana mu bamalayika".
Nihaninahazwe Imana Allah mu buryo burengeye cane kwitirirwa umwana, ahubwo abamalayika ni abaja bayo batewe iteka;

وَقَالُواْ ٱتَّخَذَ ٱلرَّحۡمَٰنُ وَلَدٗاۗ سُبۡحَٰنَهُۥۚ بَلۡ عِبَادٞ مُّكۡرَمُونَ ٢٦

[1] Ubushobozi n'ububasha vyo gutunganya ubuzima bw'ibiremwa biba mw'ijuru no kw'isi, birakwiye kuba icemezo c'uko Imana Allah Idakwiye kubangikanywa mu kurema no mu gusengwa kwayo.

27. Bumvira Imana Allah koko, ntibitanganiza kuvuga kiretse ivyo bategetswe na Yo, kandi nta n'ikintu na kimwe bakora batabanje guhabwa uburenganzira na Yo.

لَا يَسْبِقُونَهُۥ بِٱلْقَوْلِ وَهُم بِأَمْرِهِۦ يَعْمَلُونَ ﴿٢٧﴾

28. Imana Allah, Irazi neza ibikorwa n'abamalayika, muri kahise no muri kazoza kabo. Eka ntibitanganiza kuvugira n'umwe ku vyo yakoze, kiretse uwo Imana Allah Ishimye ko bamuvugira; kandi ku gutinya Imana Allah, barinengesera guca kubiri n'amabwirizwa yayo.

يَعْلَمُ مَا بَيْنَ أَيْدِيهِمْ وَمَا خَلْفَهُمْ وَلَا يَشْفَعُونَ إِلَّا لِمَنِ ٱرْتَضَىٰ وَهُم مِّنْ خَشْيَتِهِۦ مُشْفِقُونَ ﴿٢٨﴾

29. No mu gihe vyoshika mu bamalayika hakagira uwinamura akavuga ati: "Jewe mu vy'ukuri, ndi imana mu gishingo c'Imana Allah", uyo Twoca Tumuha indishi y'umuriro wa Jahannamu. Ni nk'iyo ndishi nyene y'umuriro rero Duha abirenganya bakabangikanya Imana Allah.

۞وَمَن يَقُلْ مِنْهُمْ إِنِّىٓ إِلَٰهٌ مِّن دُونِهِۦ فَذَٰلِكَ نَجْزِيهِ جَهَنَّمَ ۚ كَذَٰلِكَ نَجْزِى ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٢٩﴾

30. Mbega abagararije bakabangikanya Imana Allah, ntibaramenya ko mu vy'ukuri amajuru n'isi vyari bifatanye[1], maze Twebwe Allah Turaheza Turabifatanura ku bushobozi n'ububasha vyacu, Duca Dutuma hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, isi iratotahara, gutyo amazi Tuyagira inkomoko y'ubuzima bw'ikintu ico ari co cose mu binyabuzima! Mbega none abagarariji ntibokwemera ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, maze bakayisenga batayibangikanya!

أَوَلَمْ يَرَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ أَنَّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ كَانَتَا رَتْقًا فَفَتَقْنَٰهُمَا ۖ وَجَعَلْنَا مِنَ ٱلْمَآءِ كُلَّ شَىْءٍ حَىٍّ ۖ أَفَلَا يُؤْمِنُونَ ﴿٣٠﴾

31. Twaremye n'imisozi ishinze imizi nk'imambo mw'isi, kugira nya misozi igumye isi ntihungabanye abayibako; Tubacira n'amayira y'imigenderanire kw'isi, kugira bishire bizane mu kurondera ibibabeshaho, baheze batumbere Imana Imwe Rudende Allah;

وَجَعَلْنَا فِى ٱلْأَرْضِ رَوَٰسِىَ أَن تَمِيدَ بِهِمْ وَجَعَلْنَا فِيهَا فِجَاجًا سُبُلًا لَّعَلَّهُمْ يَهْتَدُونَ ﴿٣١﴾

32. N'ijuru ryegereye isi, Twarigize igisenge ata nkingi zigifashe, kandi kirakingiwe. Ntigishobora kugwa, vyongeye nta n'amashetani ashobora kukivogera. Hamwe n'ivyo rero, ntibibuza ko abagarariji birengagiza ivyemezo biri muri nya juru; nk'izuba, ukwezi n'inyenyeri vyotuma bemera ko hariho Imana Imwe Rudende Allah.

وَجَعَلْنَا ٱلسَّمَآءَ سَقْفًا مَّحْفُوظًا ۖ وَهُمْ عَنْ ءَايَٰتِهَا مُعْرِضُونَ ﴿٣٢﴾

33. Imana Allah rero, ni na Yo Yaremye ijoro kugira muruhuke umuruho wo ku murango; Irema n'umurango, kugira murondere icobabeshaho; Irema n'izuba kugira ribe ikimenyetso kibamurikira ku murango; Iraheza Irema n'ukwezi kugira kube ikimenyetso caka mw'ijoro. Burya rero izuba, ukwezi n'izindi nyenyeri, kimwe cose kirafise inzira-ntasobwa yaco gicamwo.

وَهُوَ ٱلَّذِى خَلَقَ ٱلَّيْلَ وَٱلنَّهَارَ وَٱلشَّمْسَ وَٱلْقَمَرَ ۖ كُلٌّ فِى فَلَكٍ يَسْبَحُونَ ﴿٣٣﴾

34. Ntumwa y'Imana! Aho hambere yawe, nta muntu n'umwe Twahaye kubaho ubuzima bwo kw'isi ata gupfa.

وَمَا جَعَلْنَا لِبَشَرٍ مِّن قَبْلِكَ ٱلْخُلْدَ ۖ أَفَإِيْن مِّتَّ فَهُمُ ٱلْخَٰلِدُونَ ﴿٣٤﴾

[2] Ico gihe nta kirere hagati y'ijuru n'isi cariho ngo hashobore kugwa imvura.

Mbega mu gihe wewe wopfa, ni bo rero bobaho ubuzima bwose kw'isi[1]!

35. Zina-kiremwa, ico ari co cose gifise ubuzima kizopfa nta gisivya, n'aho coramba imyaka n'iyindi. Tuzonabagerageza mw'iyubahirizwa ry'amabwirizwa yacu, mu gihe c'amagorwa no mu gihe c'amahirwe mu buzima bwo kw'isi, hanyuma muheze mugaruke iwacu kugira muharurirwe maze muhemberwe ivyo mwakoze.

كُلُّ نَفْسٍ ذَآئِقَةُ ٱلْمَوْتِ ۗ وَنَبْلُوكُم بِٱلشَّرِّ وَٱلْخَيْرِ فِتْنَةً ۖ وَإِلَيْنَا تُرْجَعُونَ ﴿٣٥﴾

36. Ntumwa y'Imana! Iyo abagarariji bakubonye, baraguteburako bati: "Mbega uyu, ni we anebagura imana zanyu!", kandi na bo bihakana inema za Nyenimpuhwe Allah, bakanagarariza Qor'ani!

وَإِذَا رَءَاكَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ إِن يَتَّخِذُونَكَ إِلَّا هُزُوًا أَهَٰذَا ٱلَّذِى يَذْكُرُ ءَالِهَتَكُمْ وَهُم بِذِكْرِ ٱلرَّحْمَٰنِ هُمْ كَٰفِرُونَ ﴿٣٦﴾

37. Burya kamere y'umuntu, ni uguhutagiza ibintu. Bagarariji! Jewe Allah, bitebe bitebuke, Nzobereka ibihano vyanje, ntimurinde kwihutira gusaba ko vyobashikira[2].

خُلِقَ ٱلْإِنسَٰنُ مِنْ عَجَلٍ ۚ سَأُو۟رِيكُمْ ءَايَٰتِى فَلَا تَسْتَعْجِلُونِ ﴿٣٧﴾

38. Abagarariji bihutira gusaba ibihano n'itebura n'akantu bati: "Muhama! Ubona tuzoshikirwa n'ibihano udusezeranira ryari, niwaba wewe n'abagukurikiye muri imvugakuri koko!".

وَيَقُولُونَ مَتَىٰ هَٰذَا ٱلْوَعْدُ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٣٨﴾

39. Iyo abo bagarariji bamenya ibihano bibarindiriye igihe ata wuzoshobora kwikingira muri bo umuriro mu maso no mu mugongo, umusi batazoronka n'uwubatabara ngo abakure mu bihano, ntibari kugarariza, eka mbere ntibari no kwihutira gusaba ko bohanwa.

لَوْ يَعْلَمُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ حِينَ لَا يَكُفُّونَ عَن وُجُوهِهِمُ ٱلنَّارَ وَلَا عَن ظُهُورِهِمْ وَلَا هُمْ يُنصَرُونَ ﴿٣٩﴾

40. Ahubwo rero, umuhero w'isi uzoshikira abagarariji giturumbuka batawiteguriye, maze bajumararirwe, batekerwe n'ubwoba badashoboye no guhagarika nya bihano; eka ntibazohabwa n'agahengwe ko gutenyenya ngo bigaye canke ngo biregure.

بَلْ تَأْتِيهِم بَغْتَةً فَتَبْهَتُهُمْ فَلَا يَسْتَطِيعُونَ رَدَّهَا وَلَا هُمْ يُنظَرُونَ ﴿٤٠﴾

41. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri haragizwe itebura ku Ntumwa zo hambere yawe, maze abatebuye kuri nya Ntumwa bashikirwa n'ibihano bahora bateburako ko bitobashikira.

وَلَقَدِ ٱسْتُهْزِئَ بِرُسُلٍ مِّن قَبْلِكَ فَحَاقَ بِٱلَّذِينَ سَخِرُوا۟ مِنْهُم مَّا كَانُوا۟ بِهِۦ يَسْتَهْزِءُونَ ﴿٤١﴾

42. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abihutira gusaba ko bohanwa, uti: "Nta n'umwe ashoboye kubuza ibihano vya Nyenimpuhwe Allah mu gihe Yoshaka kubahana mw'ijoro canke ku murango, musinziriye canke mukanura". Ahubwo abagarariji birengagiza Qor'ani yotuma bibuka bakagamburukira Imana yabo Rurema Allah.

قُلْ مَن يَكْلَؤُكُم بِٱلَّيْلِ وَٱلنَّهَارِ مِنَ ٱلرَّحْمَٰنِ ۚ بَلْ هُمْ عَن ذِكْرِ رَبِّهِم مُّعْرِضُونَ ﴿٤٢﴾

[1] Iyi Aayah, ni icemezo c'uko n'Umuvugishwamana Khadwiri (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yapfuye.

[2] Abakorayishi bihutiye gusaba ibihano ku gahigihigi, Imana Allah Ica Irabagabisha.

أَمْ لَهُمْ ءَالِهَةٌ تَمْنَعُهُم مِّن دُونِنَاۚ لَا يَسْتَطِيعُونَ نَصْرَ أَنفُسِهِمْ وَلَا هُم مِّنَّا يُصْحَبُونَ ﴿٤٣﴾

43. Mbega none boba bafise imana zoshobora kubakingira ibihano vyacu! Ihibambewe! Izo mana zidashoboye kwirwanako ngo zikingire, zoshobora gute gutabara abazisenga! Kanatsinda na zo nyene ntizizokingirwa namba ibihano vyacu.

بَلْ مَتَّعْنَا هَٰٓؤُلَآءِ وَءَابَآءَهُمْ حَتَّىٰ طَالَ عَلَيْهِمُ ٱلْعُمُرُۗ أَفَلَا يَرَوْنَ أَنَّا نَأْتِى ٱلْأَرْضَ نَنقُصُهَا مِنْ أَطْرَافِهَآۚ أَفَهُمُ ٱلْغَٰلِبُونَ ﴿٤٤﴾

44. Ahubwo abagarariji hamwe n'abavyeyi babo, Twabahaye ibihendamaso vy'isi mu matungo n'ibibondo hamwe no kuramba, bituma bihenda ko babihawe ku butore bwabo, gutyo batsimbatara ku bugarariji. Mbega abagarariji, ntibabonye ko Twebwe Allah Dufata isi Tukagabanya inkengera zayo ku kuneshwa kw'abo mu mihingo y'isi[1], ni bo rero botunanira guhana!

قُلْ إِنَّمَآ أُنذِرُكُم بِٱلْوَحْىِۚ وَلَا يَسْمَعُ ٱلصُّمُّ ٱلدُّعَآءَ إِذَا مَا يُنذَرُونَ ﴿٤٥﴾

45. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abo warungitsweko uti: "Mu vy'ukuri, ndabagabisha ku bihano nisunze ivyo nahishuriwe n'Imana Allah muri Qor'ani, nayo ibipfamatwi ntivyumva ngo bikurikire ukuri mu gihe bigabishijwe".

وَلَئِن مَّسَّتْهُمْ نَفْحَةٌ مِّنْ عَذَابِ رَبِّكَ لَيَقُولُنَّ يَٰوَيْلَنَآ إِنَّا كُنَّا ظَٰلِمِينَ ﴿٤٦﴾

46. Iyo abagarariji bakorwako gato n'ibihano vy'Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri bari kumenya iherezo ryabo ribi, bari no kuvuga bihebuye bati: "Amagorwa arama yemwe! Mu vy'ukuri, twebwe twarirenganije mu gusenga ibigirwamana".

وَنَضَعُ ٱلْمَوَٰزِينَ ٱلْقِسْطَ لِيَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ فَلَا تُظْلَمُ نَفْسٌ شَيْـًٔاۖ وَإِن كَانَ مِثْقَالَ حَبَّةٍ مِّنْ خَرْدَلٍ أَتَيْنَا بِهَاۗ وَكَفَىٰ بِنَا حَٰسِبِينَ ﴿٤٧﴾

47. Twebwe Allah, Tuzotereka umunzani utunganye wo kugererako ibikorwa vy'ibiremwa ku musi w'izuka, nta n'umwe rero azorenganywa ku kintu na kimwe mu vyo yakoze, n'aho coba gito kingana n'urutete rwa Khardal[2] rungana n'urutete rw'ururo, Tuzokimugerera kuri nya munzani maze Tukimuhembere, caba iciza canke ikibi. Ni na Twebwe Allah Dukwiye kuba Ababungabunzi Bahembera ibiremwa ku vyo vyakoze.

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَا مُوسَىٰ وَهَٰرُونَ ٱلْفُرْقَانَ وَضِيَآءً وَذِكْرًا لِّلْمُتَّقِينَ ﴿٤٨﴾

48. Ni ukuri, Twarahaye Musa na Haruna (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah) icemezo n'intsinzi ku bansi babo, Tubaha n'Igitabu ca Tawurati gitandukanya ukuri n'ikinyoma, kigatandukanya ikizira n'ikirekuwe, kirimwo umuco n'inyigisho ku bagamburukiramana;

ٱلَّذِينَ يَخْشَوْنَ رَبَّهُم بِٱلْغَيْبِ وَهُم مِّنَ ٱلسَّاعَةِ مُشْفِقُونَ ﴿٤٩﴾

49. Abatinya ibihano vy'Imana yabo Rurema Allah kandi batayibona, bakanagira impungenge zo gutinya umusi w'umuhero w'isi.

وَهَٰذَا ذِكْرٌ مُّبَارَكٌ أَنزَلْنَٰهُۚ أَفَأَنتُمْ لَهُۥ مُنكِرُونَ ﴿٥٠﴾

50. N'iyi Qor'ani Twamanuriye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ni urwibutso rwuzuye ivyiza ku wibuka akubahiriza n'amabwirizwa yayo. Aho nyene rero murakanagaye muyihakane!

---

[2] Maze abislamu bakigarurira ibihugu vy'ababangikanyamana.
[1] Khardal, ni ubwoko bw'ibimera, bifise intete zingana n'iz'uburo.

51. Ni ukuri, Twarahaye Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) uburongozi yararikiye abantu kubukurikira imbere y'irungikwa rya Musa na Haruna, kandi Twari Tuzi neza ko abikwiye;

۞وَلَقَدۡ ءَاتَيۡنَآ إِبۡرَٰهِيمَ رُشۡدَهُۥ مِن قَبۡلُ وَكُنَّا بِهِۦ عَٰلِمِينَ ٥١

52. Igihe yabwira se n'abantu biwe yarungitsweko ati: "Ibi bigirwamana mwabaje maze mukitwararika kubisenga, ni ibiki?";

إِذۡ قَالَ لِأَبِيهِ وَقَوۡمِهِۦ مَا هَٰذِهِ ٱلتَّمَاثِيلُ ٱلَّتِيٓ أَنتُمۡ لَهَا عَٰكِفُونَ ٥٢

53. Bishuye Ibrahimu bati: "Twasanze abavyeyi bacu babisenga ukwo nyene, maze na twe turaheza turabigana";

قَالُواْ وَجَدۡنَآ ءَابَآءَنَا لَهَا عَٰبِدِينَ ٥٣

54. Ibrahimu yababwiye ati: "Ni ukuri mwebwe hamwe n'abavyeyi banyu, muri mu muzimagiza ugaragara uri kure cane y'ukuri";

قَالَ لَقَدۡ كُنتُمۡ أَنتُمۡ وَءَابَآؤُكُمۡ فِي ضَلَٰلٖ مُّبِينٖ ٥٤

55. Babwiye Ibrahimu bati: "Iryo jambo waje kutubwira, ryoba ari iry'ukuri, canke woba uri mu bifyinira, batebura?";

قَالُوٓاْ أَجِئۡتَنَا بِٱلۡحَقِّ أَمۡ أَنتَ مِنَ ٱللَّٰعِبِينَ ٥٥

56. Ibrahimu yababwiye ati: "Ahubwo Imana yanyu Rurema Allah ndabararikira gusenga, ni Yo Mana Yaremye amajuru n'isi, kandi jewe kuri ivyo ndi mu bavyemeza koko".

قَالَ بَل رَّبُّكُمۡ رَبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ ٱلَّذِي فَطَرَهُنَّ وَأَنَا۠ عَلَىٰ ذَٰلِكُم مِّنَ ٱلشَّٰهِدِينَ ٥٦

57. Ibrahimu ni ho yahigira nya bigirwamana, maze avuga ati: "Ndanarahiye kw'izina ry'Imana Allah, ko ntegerezwa gukora ibishoboka vyose nkamenagura ibigirwamana vyanyu nimwamara kubisiga vyonyene".

وَتَٱللَّهِ لَأَكِيدَنَّ أَصۡنَٰمَكُم بَعۡدَ أَن تُوَلُّواْ مُدۡبِرِينَ ٥٧

58. Ni ho rero Ibrahimu yamenagura nya bigirwamana abigira ubunywenywe, kiretse gusa gikuru cavyo yasize kugira bahave bakibaza ku vyashikiye ibindi bigirwamana.

فَجَعَلَهُمۡ جُذَٰذًا إِلَّا كَبِيرٗا لَّهُمۡ لَعَلَّهُمۡ إِلَيۡهِ يَرۡجِعُونَ ٥٨

59. Bamaze kugaruka rero bagasanga ibigirwamana vyamenaguwe, barabazanije hagati yabo bati: "Ni nde ga yemwe yubahutse kumenagura imana zacu! Uyo muntu nta nkeka ko ari mu bantu birenganije mu gusuzugura imana zacu".

قَالُواْ مَن فَعَلَ هَٰذَا بِـَٔالِهَتِنَآ إِنَّهُۥ لَمِنَ ٱلظَّٰلِمِينَ ٥٩

60. Abari bumvise Ibrahimu ahiga ko azobimenagura, bavuze bati: "Twarumvise umusore yabinebaguye, bamwita Ibrahimu".

قَالُواْ سَمِعۡنَا فَتٗى يَذۡكُرُهُمۡ يُقَالُ لَهُۥٓ إِبۡرَٰهِيمُ ٦٠

61. Indongozi muri bo zaciye zivuga ziti: "Nimurengutse Ibrahimu aheze yemange ivyo yakoze imbere y'ishengero ry'abantu, kugira babe ivyabona".

قَالُواْ فَأۡتُواْ بِهِۦ عَلَىٰٓ أَعۡيُنِ ٱلنَّاسِ لَعَلَّهُمۡ يَشۡهَدُونَ ٦١

62. Ni ho rero barengutsa Ibrahimu baca baramubaza ishavu riniga bati: "Burahi! Mbega ni wewe wubahutse kumenagura imana zacu?".

قَالُوٓاْ ءَأَنتَ فَعَلۡتَ هَٰذَا بِـَٔالِهَتِنَا يَٰٓإِبۡرَٰهِيمُ ٦٢

63. Na we abishura mu kubereka ubujuju bwabo ati: "Ahubwo nyabuna iki gikuru muri vyo, ni co cabikoze!

قَالَ بَلۡ فَعَلَهُۥ كَبِيرُهُمۡ هَٰذَا فَسۡـَٔلُوهُمۡ إِن كَانُواْ يَنطِقُونَ ٦٣

Mbona vyiza mwobaza izo mana ku vyazishikiye nizaba zishoboye kuvuga canke kwishura!”.

فَرَجَعُوٓاْ إِلَىٰٓ أَنفُسِهِمۡ فَقَالُوٓاْ إِنَّكُمۡ أَنتُمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ٦٤

64. Ubwanwa bwaciye bupfuka umunwa, maze barabona ko imana zabo ata co zishoboye, ni ho bikebukana baraheza babwirana hagati yabo bati: “Mu vy’ukuri, mwebwe mwarirenganije mw’ibangikanyamana!”.

ثُمَّ نُكِسُواْ عَلَىٰ رُءُوسِهِمۡ لَقَدۡ عَلِمۡتَ مَا هَٰٓؤُلَآءِ يَنطِقُونَ ٦٥

65. Hanyuma ntivyatevye, baca bisubirako babwira Ibrahimu bati: “Ni ukuri, urazi neza ko izi mana zitavuga, twozibaza gute!”.

قَالَ أَفَتَعۡبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَا لَا يَنفَعُكُمۡ شَيۡـٔٗا وَلَا يَضُرُّكُمۡ ٦٦

66. Ibrahimu yabishuye n’agasuzuguro ati: “None bigenda gute ngo musenge mu gishingo c’Imana Allah ibigirwamana ata co bibamariye mu gihe mubisenze, ata n’ico bibicira mu gihe mutobisenga!”;

أُفّٖ لَّكُمۡ وَلِمَا تَعۡبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِۖ أَفَلَا تَعۡقِلُونَ ٦٧

67. Murakamaramara mwebwe hamwe n’imana zanyu musenga mu gishingo c’Imana Allah! Mbega ntimugira ubwenge ngo mutahure ububi bw’ivyo mugira!

قَالُواْ حَرِّقُوهُ وَٱنصُرُوٓاْ ءَالِهَتَكُمۡ إِن كُنتُمۡ فَٰعِلِينَ ٦٨

68. Ubwanwa bumaze gupfuka umunwa, ukuri kukabagira, bahisemwo gukoresha igikenye baraheza bavuga bati: “Nyabuna nimuturire Ibrahimu, muheze mwihorere imana zanyu nimwaba mushaka kuzigarukira”.

قُلۡنَا يَٰنَارُ كُونِي بَرۡدٗا وَسَلَٰمًا عَلَىٰٓ إِبۡرَٰهِيمَ ٦٩

69. Barakanagaye bacana inkonge y’umuriro[1], maze bayitereramwo Ibrahimu, ni ho rero Twebwe Allah Twatabara Ibrahimu Duti: “Wa muriro we! Ba imbeho n’itekane kuri Ibrahimu!”. Maze umuriro uri aho, uraheza urazima ata co umutwaye.

وَأَرَادُواْ بِهِۦ كَيۡدٗا فَجَعَلۡنَٰهُمُ ٱلۡأَخۡسَرِينَ ٧٠

70. Bashatse gukoresha urwenge ngo Ibrahimu apfe, maze Twebwe Allah Tuba Twabahinyuye kera baraheza baraneshwa.

وَنَجَّيۡنَٰهُ وَلُوطًا إِلَى ٱلۡأَرۡضِ ٱلَّتِي بَٰرَكۡنَا فِيهَا لِلۡعَٰلَمِينَ ٧١

71. Ni ho rero Twarokora Ibrahimu hamwe na Luutwi yamwemera, Turaheza Tubakura muri Iraki Tubimurira muri Shaamu[2] ahantu Twahezagije ivyiza vyinshi, no kuba amamuko ya benshi mu Bavugishwamana (ba nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah).

وَوَهَبۡنَا لَهُۥٓ إِسۡحَٰقَ وَيَعۡقُوبَ نَافِلَةٗۖ وَكُلّٗا جَعَلۡنَا صَٰلِحِينَ ٧٢

72. Twaranahaye Ibrahimu ikibondo Is-haka igihe yasaba ko yoronswa umwana, Twongererako n'umwuzukuru Yakubu mwene Is-haka; kandi umwe wese muri bo[3], Twamugize umweranda agamburukira Imana Allah;

وَجَعَلۡنَٰهُمۡ أَئِمَّةٗ يَهۡدُونَ بِأَمۡرِنَا وَأَوۡحَيۡنَآ إِلَيۡهِمۡ فِعۡلَ ٱلۡخَيۡرَٰتِ وَإِقَامَ ٱلصَّلَوٰةِ وَإِيتَآءَ ٱلزَّكَوٰةِۖ وَكَانُواْ لَنَا عَٰبِدِينَ ٧٣

73. Twanabagize indongozi zirarikira abantu igamburukiramana ku burenganzira bwacu Twebwe Allah; Twaranabahishuriye gukora ivyiza bisunze amabwirizwa yacu, gutsimbataza isengesho rikwije ibisabwa no

[1] Igicaniro amahanga.
[2] Shaamu muri kahise, ni izina ry’akarere kari kagizwe n’ibihugu vya Siriya, Libani, Jordaniya, Palestina, Tabuki na Sinayi.
[1] Ibrahimu, Is-haka na Yakubu.

gutanga ishikanwa-bwirizwa, baraheza baravyubahiriza koko, kandi kuri Twebwe baricisha bugufi.

74. Na Luutwi nyene Twaramuhaye ubutumwa, gutumbereza ingingo n'ubumenyi bw'amabwirizwa yacu, Turanamurokora mu bihano Twahaye ababa mu gacimbiri ka Saduma, bari bimonogoje mu gukora ivyaha vy'agahomerabunwa. Mu vy'ukuri, abantu bo mu gacimbiri ka Saduma barangwa n'ibibi bitagira izina, bari n'ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah;

وَلُوطًا ءَاتَيۡنَٰهُ حُكۡمٗا وَعِلۡمٗا وَنَجَّيۡنَٰهُ مِنَ ٱلۡقَرۡيَةِ ٱلَّتِي كَانَت تَّعۡمَلُ ٱلۡخَبَٰٓئِثَۚ إِنَّهُمۡ كَانُواْ قَوۡمَ سَوۡءٖ فَٰسِقِينَ ٧٤

75. Twaranatunganirije Luutwi inema z'ukumushira mu mpuhwe zacu, maze Tumukura mu bihano vyahitanye abantu biwe; mu vy'ukuri, yari mu beranda bagamburukira Imana Allah.

وَأَدۡخَلۡنَٰهُ فِي رَحۡمَتِنَآۖ إِنَّهُۥ مِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ٧٥

76. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'inkuru ya Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) aho hambere yanyu; wewe, Ibrahimu na Luutwi, igihe yahamagara atakambira Imana yiwe Rurema Allah, Turaheza Twebwe Allah Turamwumvira igisabisho ciwe, maze Tumukura mu vyago bihambaye we hamwe n'abamukurikiye;

وَنُوحًا إِذۡ نَادَىٰ مِن قَبۡلُ فَٱسۡتَجَبۡنَا لَهُۥ فَنَجَّيۡنَٰهُ وَأَهۡلَهُۥ مِنَ ٱلۡكَرۡبِ ٱلۡعَظِيمِ ٧٦

77. Tumukura mu mutego w'abantu bahakanye ivyemezo vyacu vyerekana ukuri kwiwe. Mu vy'ukuri, nya bantu barangwa n'ibibi, bari n'ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, gutyo Turaheza Tubahonesha isegenya bose.

وَنَصَرۡنَٰهُ مِنَ ٱلۡقَوۡمِ ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَآۚ إِنَّهُمۡ كَانُواْ قَوۡمَ سَوۡءٖ فَأَغۡرَقۡنَٰهُمۡ أَجۡمَعِينَ ٧٧

78. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'inkuru y'Umuvugishwamana Dawudi hamwe n'umwana wiwe Sulayimani (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah), igihe baca urubanza rw'abantu babiri babitwayeko, aho intungwa z'umwe muri bo zonye mw'ijoro umurima w'uwundi, maze Dawudi aca urubanza ko izo ntungwa zokwegukira nyenumurima, kuko zanganya igiciro n'ivyononekaye, kandi Twari n'Ivyabona ku ngingo yafashe.

وَدَاوُۥدَ وَسُلَيۡمَٰنَ إِذۡ يَحۡكُمَانِ فِي ٱلۡحَرۡثِ إِذۡ نَفَشَتۡ فِيهِ غَنَمُ ٱلۡقَوۡمِ وَكُنَّا لِحُكۡمِهِمۡ شَٰهِدِينَ ٧٨

79. Ni ukwo rero Twebwe Allah, Turaheza Tumenyesha Sulayimani (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ko yobatunganiriza bompi akaja hagati ku neza y'umwe wese; nyenintungwa agategekwa gusubiriza ivyononywe muri nya murima, hanyuma nyenumurima na we akaba arikora kuri nya ntungwa mu kiringo co kurindira ko nya murima wera; hanyuma nya murima niwamara kwera, umwe wese agaheza agasubirana ivyiwe. Kandi burya Dawudi na Sulayimani, umwe wese muri bo, Twebwe Allah Twamuhaye ububasha bwo gufata ingingo n'ubumenyi. Twaranorohereje Dawudi ku buryo imisozi hamwe n'inyoni vyitabira ininahaza n'itaziramana ryiwe. Ivyo vyose rero Twarabikoze.

فَفَهَّمۡنَٰهَا سُلَيۡمَٰنَۚ وَكُلًّا ءَاتَيۡنَا حُكۡمٗا وَعِلۡمٗاۚ وَسَخَّرۡنَا مَعَ دَاوُۥدَ ٱلۡجِبَالَ يُسَبِّحۡنَ وَٱلطَّيۡرَۚ وَكُنَّا فَٰعِلِينَ ٧٩

80. Twebwe Allah, Twahariye Dawudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ubumenyi bwo guhingura mu cuma impuzu zo gukingira umutumba gushikirwa n'imyampi n'imipanga mu gihe c'indwano, ari na bwo mwagumye muhererekana mwebwe abantu mu kwikingira mu ndwano. Ubwo none ntimwoshimira Imana Allah kuri ubwo buhinga Yigishije Umuja wayo Dawudi!

وَعَلَّمْنَٰهُ صَنْعَةَ لَبُوسٍ لَّكُمْ لِتُحْصِنَكُم مِّنۢ بَأْسِكُمْۖ فَهَلْ أَنتُمْ شَٰكِرُونَ ﴿٨٠﴾

81. Twaranorohereje Sulayimani kwikora ku gihuhusi we hamwe n'abo bari kumwe, kikamwunguruza kw'itegeko ryiwe gushika muri Bayti l-Maqdis mu bihugu vya Shaamu[1], ahantu Twahezagije ivyiza vyinshi no kuba amamuko ya benshi mu Bavugishwamana (ba nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah); kandi burya twebwe Allah, Twamye Tuzi neza ibintu vyose.

وَلِسُلَيْمَٰنَ ٱلرِّيحَ عَاصِفَةً تَجْرِى بِأَمْرِهِۦٓ إِلَى ٱلْأَرْضِ ٱلَّتِى بَٰرَكْنَا فِيهَاۚ وَكُنَّا بِكُلِّ شَىْءٍ عَٰلِمِينَ ﴿٨١﴾

82. Twarashoboje Sulayimani no kwikora ku mashetani, akagira ayo akoresha muri yo mu bikorwa vyo kwibira mw'ibahari kuropora ubutare n'amabuye y'agaciro, no mu guhingura ivyo yipfuza; kandi nya mashetani nta burenganzira yari afise bwo kwanka ivyo ayategetse, kandi Twebwe Allah Twarayamubungabungiye.

وَمِنَ ٱلشَّيَٰطِينِ مَن يَغُوصُونَ لَهُۥ وَيَعْمَلُونَ عَمَلًا دُونَ ذَٰلِكَۖ وَكُنَّا لَهُمْ حَٰفِظِينَ ﴿٨٢﴾

83. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'inkuru y'Umuja wacu Ayubu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), igihe yageragezwa mu vyago vy'indwara z'igihe kirekire, abana bagahwera, amatungo akamuherako, akihanganira ivyo vyose ku bw'Imana Allah, araheza ahamagara Imana yiwe Rurema Allah ayitakambira ati: "Mu vy'ukuri, nakozweko n'ivyago vy'indwara, none rero ndagusavye Mana yanje ubinkureko, kuko Wewe Urangwa n'impuhwe zisumba iz'abagirampuhwe bose".

۞وَأَيُّوبَ إِذْ نَادَىٰ رَبَّهُۥٓ أَنِّى مَسَّنِىَ ٱلضُّرُّ وَأَنتَ أَرْحَمُ ٱلرَّٰحِمِينَ ﴿٨٣﴾

84. Ni ho rero Ayubu, Twamwumvira Turaheza Tumukurako nya vyago, Tunamusubiza ivyo yabuze mu bana n'amatungo bigwijijwe na kabiri, ivyo vyose rero Twabigize ku mpuhwe zacu kugira abere akarorero abiyegereza Imana Allah mu kwihanganira igeragezwa.

فَٱسْتَجَبْنَا لَهُۥ فَكَشَفْنَا مَا بِهِۦ مِن ضُرٍّۖ وَءَاتَيْنَٰهُ أَهْلَهُۥ وَمِثْلَهُم مَّعَهُمْ رَحْمَةً مِّنْ عِندِنَا وَذِكْرَىٰ لِلْعَٰبِدِينَ ﴿٨٤﴾

85. Ntumwa y'Imana! Ibuka kandi inkuru ya Ismayili, Idrisa na Dhu l-kifli[2] (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah), abo bose barihanganira igamburukiramana n'igeragezwa, bituma bayagwa neza n'ibiremwa;

وَإِسْمَٰعِيلَ وَإِدْرِيسَ وَذَا ٱلْكِفْلِۖ كُلٌّ مِّنَ ٱلصَّٰبِرِينَ ﴿٨٥﴾

86. Turaheza Tubinjiza no mu mpuhwe zacu Twebwe Allah, mu vy'ukuri bari mu beranda bagamburukira Imana Allah.

وَأَدْخَلْنَٰهُمْ فِى رَحْمَتِنَآۖ إِنَّهُم مِّنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿٨٦﴾

[2] Shaamu muri kahise, ni izina ry'akarere kari kagizwe n'ibihugu vya Siriya, Libani, Jordaniya, Palestina, Tabuki na Sinayi.

[2] Umwana wa Ayubu.

87. Ibuka n'inkuru y'uwigeze kumirwa n'ifi amahanga, Yunusu mwene Matta (nyakugira amahoro y'Imana Allah) Twarungitse ku bantu biwe, maze ntibamwumvira, ico gihe yaratwawe n'agashavu araheza ahunga abo yarungitsweko atekewe n'agahinda ko kutumvirwa, yibwira ko Twebwe Allah Tutobimuhora Tukamushira mu kaga, ni ho yagirwa n'isi atamirwa n'ifi amahanga, araheza ahamagara ari mu mwijima w'amoko atatu[1], atakamba yigaya ku kutaguma mu bantu yarungitsweko, avuga ati: "Nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Wewe gusa Mana; ininahazwa ni iryawe, mu vy'ukuri nari mu birenganije".

وَذَا ٱلنُّونِ إِذ ذَّهَبَ مُغَٰضِبًا فَظَنَّ أَن لَّن نَّقۡدِرَ عَلَيۡهِ فَنَادَىٰ فِي ٱلظُّلُمَٰتِ أَن لَّآ إِلَٰهَ إِلَّآ أَنتَ سُبۡحَٰنَكَ إِنِّي كُنتُ مِنَ ٱلظَّٰلِمِينَ ٨٧

88. Ni ho rero Twumvira Yunusu mwene Matta, Turaheza Tumukura muri nya kaga, ni nk'ukwo nyene rero Dukura mu kaga abemeramana vy'ukuri.

فَٱسۡتَجَبۡنَا لَهُۥ وَنَجَّيۡنَٰهُ مِنَ ٱلۡغَمِّۚ وَكَذَٰلِكَ نُنجِي ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ٨٨

89. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'inkuru ya Zakariya (nyakugira amahoro y'Imana Allah), igihe yahamagara Imana yiwe Rurema Allah, ayitakambira ko Yomuronsa umwana inyuma y'aho agereye mu za bukuru, avuga ati: "Ewe Mana yanje Rurema Allah! Ntungire ingumba ngo nzopfe ata kibondo nsize, ndagusavye rero ko Wondonsa umwana w'umuhungu yombera samuragwa mu guhagararira bikwiye idini ryawe ninamara gupfa, burya ni Wewe Umwiza wa ba samuragwa.

وَزَكَرِيَّآ إِذۡ نَادَىٰ رَبَّهُۥ رَبِّ لَا تَذَرۡنِي فَرۡدٗا وَأَنتَ خَيۡرُ ٱلۡوَٰرِثِينَ ٨٩

90. Ni ho Zakariya Twamwumvira Turaheza Tumuronsa umwana yitwa Yah-ya, umukenyezi wiwe na we Twaramushoboje gusama imbanyi inyuma y'aho yari ingumba ageze no mu za bukuru. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, abo bose Tukudondaguriye barahurumbira ivyiza, bakanadusaba barajwe ishinga no kuronka inema zacu, batinya n'ibihano vyacu, baranicisha bugufi kuri Twebwe Allah.

فَٱسۡتَجَبۡنَا لَهُۥ وَوَهَبۡنَا لَهُۥ يَحۡيَىٰ وَأَصۡلَحۡنَا لَهُۥ زَوۡجَهُۥٓۚ إِنَّهُمۡ كَانُواْ يُسَٰرِعُونَ فِي ٱلۡخَيۡرَٰتِ وَيَدۡعُونَنَا رَغَبٗا وَرَهَبٗاۖ وَكَانُواْ لَنَا خَٰشِعِينَ ٩٠

91. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'inkuru ya Mariyamu umukobwa wa Amraani, yabungabunze ubwambure bwiwe, Turaheza Tumurungikira umumalayika Jibrili amuhuhiramwo inkomoko y'ubuzima "Roho" iturutse iwacu, aca arasama imbanyi ya Isa ata mugabo babonanye. Mariyamu n'umwana wiwe Isa rero, Twabagize ikimenyetso cereka ibiremwa vyose ubushobozi n'ububasha vyacu Twebwe Allah gushika ku musi w'umuhero w'isi.

وَٱلَّتِيٓ أَحۡصَنَتۡ فَرۡجَهَا فَنَفَخۡنَا فِيهَا مِن رُّوحِنَا وَجَعَلۡنَٰهَا وَٱبۡنَهَآ ءَايَةٗ لِّلۡعَٰلَمِينَ ٩١

92. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, idini ry'aba Bavugishwamana Tudondaguye, ari na ryo dini ryanyu, ni idini rimwe ry'ubwislamu; ryo kwicisha bugufi no gusenga

إِنَّ هَٰذِهِۦٓ أُمَّتُكُمۡ أُمَّةٗ وَٰحِدَةٗ وَأَنَا۠ رَبُّكُمۡ فَٱعۡبُدُونِ ٩٢

[1] Umwijima wo mw'ijoro, umwijima wo mw'ibahari n'umwijima wo mu nda y'ifi.

Imana Imwe Rudende Allah, ni na Jewe rero Imana yanyu Rurema Allah, enda nyabuna rero, nimunyiyegereze mu vyo mukora vyose munansenge mutambangikanya.

93. Ariko rero abantu ni bo bahavuye bicamwo imigwi ha gukurikira idini rimwe, gutyo basenga ibigirwamana batwawe n'ivyipfuzo vyabo. Iyo migwi yose rero, impera n'imperuka izogaruka iwacu Twebwe Allah, kugira iharurirwe iheze ihemberwe ivyo yakoze.

وَتَقَطَّعُوٓاْ أَمۡرَهُم بَيۡنَهُمۡۖ كُلٌّ إِلَيۡنَا رَٰجِعُونَ ٩٣

94. Uwuzokora ivyiza bitegetswe rero, akaba yemera n'Imana Allah hamwe n'Intumwa zayo, ibikorwa vyiwe ntibizoba impfagusa namba, Tuzobimuhembera; mu vy'ukuri n'ivyo yakoze vyose, Tuzovyandika mu gitabu ciwe azokwisomera ku musi w'izuka.

فَمَن يَعۡمَلۡ مِنَ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَهُوَ مُؤۡمِنٞ فَلَا كُفۡرَانَ لِسَعۡيِهِۦۖ وَإِنَّا لَهُۥ كَٰتِبُونَ ٩٤

95. Ntibizokwigera bishika ku bantu bo mu gacimbiri Twahoneje ku kwirenganya kwabo mu kugarariza, ko bagaruka kandi kw'isi kugira ngo bigaye bongere bakore ivyo birengagije imbere yuko umuhero w'isi ushika.

وَحَرَٰمٌ عَلَىٰ قَرۡيَةٍ أَهۡلَكۡنَٰهَآ أَنَّهُمۡ لَا يَرۡجِعُونَ ٩٥

96. Igihe habonetse ibimenyetso bihambaye vy'umuhero w'isi, hagasenyurwa uruzitiro-ntamenwa rw'ahabohewe Ya-juuju na Ma-juuju, maze Ya-juuju na Ma-juuju bagashunguruka imisozi bashwiragira mu mpande zose z'isi;

حَتَّىٰٓ إِذَا فُتِحَتۡ يَأۡجُوجُ وَمَأۡجُوجُ وَهُم مِّن كُلِّ حَدَبٖ يَنسِلُونَ ٩٦

97. Isezerano ry'isango ry'ukuri ry'umuhero w'isi rizoba ryegereje, aho abagarariji bazoturumbura amaso kubera intureka z'uwo musi, bazokwisabira guhona bavuga bati: "Amagorwa arama yemwe! Ni ukuri, twari twagoswe mu kutibuka intureka z'uno musi ngo tuwitegurire, ahubwo mbere twarirenganije koko".

وَٱقۡتَرَبَ ٱلۡوَعۡدُ ٱلۡحَقُّ فَإِذَا هِيَ شَٰخِصَةٌ أَبۡصَٰرُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ يَٰوَيۡلَنَا قَدۡ كُنَّا فِي غَفۡلَةٖ مِّنۡ هَٰذَا بَلۡ كُنَّا ظَٰلِمِينَ ٩٧

98. Bagarariji! Mu vy'ukuri, mwebwe hamwe n'ibigirwamana vy'ubwoko bwose[1] mwasenga mu gishingo c'Imana Allah, ni ibicanirizo vy'umuriro wa Jahannamu, mwebwe mwese rero mutegerezwa kuwinjira;

إِنَّكُمۡ وَمَا تَعۡبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ حَصَبُ جَهَنَّمَ أَنتُمۡ لَهَا وَٰرِدُونَ ٩٨

99. Iyo ibigirwamana mwasenze mu gishingo c'Imana Allah biba bikwiye gusengwa vy'ukuri, ntivyari kwinjirana na mwe mu muriro wa Jahannamu. Ibigirwamana hamwe n'ababisenze rero, bazoguma muri nya muriro ibihe bidahera;

لَوۡ كَانَ هَٰٓؤُلَآءِ ءَالِهَةٗ مَّا وَرَدُوهَاۖ وَكُلّٞ فِيهَا خَٰلِدُونَ ٩٩

100. Bari mu bihano bikaze bituma bahezagurika urutavanako; muri nya muriro, nta n'uwuzokwumva muri bo bivuye ku ntureka z'ibihano biriyo.

لَهُمۡ فِيهَا زَفِيرٞ وَهُمۡ فِيهَا لَا يَسۡمَعُونَ ١٠٠

[1] Ibigirwamana vy'ubwoko bwose, ni ico cose gisengwa mu gishingo c'Imana Allah. Abasenga abamalayika canke Intumwa nka Uzayru na Isa mwene Mariyamu, abo bazohanwa bonyene gusa kuko basengwa batabinezererewe.

101. Mu vy'ukuri, abo Twamaze kumenya ko bafise amahirwe yo kwinjira mu Bwami bw'ijuru, abo ni bo rero bazokwigizwa kure y'umuriro wa Jahannamu;

إِنَّ ٱلَّذِينَ سَبَقَتْ لَهُم مِّنَّا ٱلْحُسْنَىٰٓ أُوْلَٰٓئِكَ عَنْهَا مُبْعَدُونَ ﴿١٠١﴾

102. Ntibazokwumva n'ihinda rya nya muriro hamwe n'ituragurika ry'imibiri y'abawurimwo, bazoba bari mu nema zo mu Bwami bw'ijuru bamye bashashaye, bazobayo ibihe bidahera;

لَا يَسْمَعُونَ حَسِيسَهَا ۖ وَهُمْ فِى مَا ٱشْتَهَتْ أَنفُسُهُمْ خَٰلِدُونَ ﴿١٠٢﴾

103. Intureka zihambaye z'uwo musi ntizizobatera ubwoba namba, bazokwakirwa n'abamalayika babakeza bati: "Uwu ni wo musi wanyu mwasezeraniwe ko muzohemberwa ivyo mwakoze";

لَا يَحْزُنُهُمُ ٱلْفَزَعُ ٱلْأَكْبَرُ وَتَتَلَقَّىٰهُمُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ هَٰذَا يَوْمُكُمُ ٱلَّذِى كُنتُمْ تُوعَدُونَ ﴿١٠٣﴾

104. Umusi Twebwe Allah, Twazingazinze ijuru nka kurya urupapuro rw'igitabu ruzingwazingwa, Tugaheza Tukazura ibiremwa vyambaye ubusa nka kurya Twabiremye nambere bikivuka. Iryo ni isezerano ryacu Twebwe Allah, ritegerezwa gushika ata gisivya; mu vy'ukuri, Twebwe Allah Twamye Dushitsa ivyo Dusezeranye.

يَوْمَ نَطْوِى ٱلسَّمَآءَ كَطَىِّ ٱلسِّجِلِّ لِلْكُتُبِ ۚ كَمَا بَدَأْنَآ أَوَّلَ خَلْقٍ نُّعِيدُهُۥ ۚ وَعْدًا عَلَيْنَآ ۚ إِنَّا كُنَّا فَٰعِلِينَ ﴿١٠٤﴾

105. Ni ukuri, Twaranditse mu Bitabu vyamanuwe mu nyuma y'ivyanditswe mu Gitabu kibungabunzwe (Lawhu Mahfuudhw), ko isi bitebe bitebuke abazoyitorana ari abaja banje beranda mu bantu barungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

وَلَقَدْ كَتَبْنَا فِى ٱلزَّبُورِ مِنۢ بَعْدِ ٱلذِّكْرِ أَنَّ ٱلْأَرْضَ يَرِثُهَا عِبَادِىَ ٱلصَّٰلِحُونَ ﴿١٠٥﴾

106. Burya mu vy'ukuri, muri izi nkuru musomewe, ni ukuri harimwo inkebuzo ikwiye ku bantu bicisha bugufi koko.

إِنَّ فِى هَٰذَا لَبَلَٰغًا لِّقَوْمٍ عَٰبِدِينَ ﴿١٠٦﴾

107. Ntumwa y'Imana! Ntitwakurungitse atari ukugira ubere impuhwe amajini n'abantu bose, gutyo hagire amahirwe uwukwemeye, hahombe uwuguhakanye.

وَمَآ أَرْسَلْنَٰكَ إِلَّا رَحْمَةً لِّلْعَٰلَمِينَ ﴿١٠٧﴾

108. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ni ukuri ivyo nahishuriwe, ni uko vy'ukuri Imana yanyu Ikwiye gusengwa ari Imana Imwe Rudende Allah, nimwicishe bugufi rero kuri Yo mube abislamu, muheze muyisenge mutayibangikanya".

قُلْ إِنَّمَا يُوحَىٰٓ إِلَىَّ أَنَّمَآ إِلَٰهُكُمْ إِلَٰهٌ وَٰحِدٌ ۖ فَهَلْ أَنتُم مُّسْلِمُونَ ﴿١٠٨﴾

109. Nibagenza umugongo bakirengagiza kuba abislamu, uraheza ubabwire uti: "Ndabararikira mwese gukurikira ivyo nahishuriwe, burya jewe na mwe turi co kimwe mu bumenyi bw'ivyo ndabagabishako, nanje sinzi rero ibihano mugabishwako aho bizoshikira, ko vyoba biri hafi gushika canke biri kure!

فَإِن تَوَلَّوْا۟ فَقُلْ ءَاذَنتُكُمْ عَلَىٰ سَوَآءٍ ۖ وَإِنْ أَدْرِىٓ أَقَرِيبٌ أَم بَعِيدٌ مَّا تُوعَدُونَ ﴿١٠٩﴾

110. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irazi neza amajambo mugaragaza n'ayo muhisha mu mitima yanyu, Izoyabahembera;

إِنَّهُۥ يَعْلَمُ ٱلْجَهْرَ مِنَ ٱلْقَوْلِ وَيَعْلَمُ مَا تَكْتُمُونَ ﴿١١٠﴾

111. Vyongeye, sinzi rero kumbure ko itenyenya ku bihano mwihutira gusaba ko vyoshika, harimwo igeragezwa kuri mwebwe kugira muryoherwe gato mu buzima bwo kw'isi, maze mubandanye mugarariza, gutyo muzohabwe ibihano ruhasha".

وَإِنْ أَدْرِى لَعَلَّهُۥ فِتْنَةٌ لَّكُمْ وَمَتَٰعٌ إِلَىٰ حِينٍ ﴿١١١﴾

112. Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ducire urw'ukuri twebwe n'abaduhakana. Dusaba rero Imana yacu Rurema Nyenimpuhwe Allah, Yo Yifashishwa mu kwihanganira ivyo muvuga mudutega imisi mw'irementanya n'igarariza".

قَٰلَ رَبِّ ٱحْكُم بِٱلْحَقِّ ۗ وَرَبُّنَا ٱلرَّحْمَٰنُ ٱلْمُسْتَعَانُ عَلَىٰ مَا تَصِفُونَ ﴿١١٢﴾

22. Al-Hajji (Ishengerera ry'ingoro ntagatifu)
Aayah 78, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Emwe bantu! Nimutinye ibihano vy'Imana yanyu Rurema Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, mu vy'ukuri intureka z'umuhero w'isi, ni ikintu gihambaye cane, kirenze ubwenge bwa kiremwa-muntu;

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ ٱتَّقُوا۟ رَبَّكُمْ ۚ إِنَّ زَلْزَلَةَ ٱلسَّاعَةِ شَىْءٌ عَظِيمٌ ﴿١﴾

2. Umusi mwabonye umuhero w'isi ugeze, intureka zawo zizotuma umuvyeyi yonsa yibagira umwana ariko aronsa; umugore yibungeze na we, azokorora imbanyi kubera ubwoba bubica bigacika; maze ubone abantu baborewe bataye ubwenge ata biboreza bashize ku munwa, ariko ivyo vyose bizoterwa n'ibihano vy'Imana Allah bikaze.

يَوْمَ تَرَوْنَهَا تَذْهَلُ كُلُّ مُرْضِعَةٍ عَمَّآ أَرْضَعَتْ وَتَضَعُ كُلُّ ذَاتِ حَمْلٍ حَمْلَهَا وَتَرَى ٱلنَّاسَ سُكَٰرَىٰ وَمَا هُم بِسُكَٰرَىٰ وَلَٰكِنَّ عَذَابَ ٱللَّهِ شَدِيدٌ ﴿٢﴾

3. Mu ndongozi z'abagarariji mu bantu, harimwo abaharira mu guhakana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah bwo kuzura abapfuye, bitewe n'ubujuju bwo kutamenya ubushobozi n'ububasha vyayo, bagakurikira muri nya mpari indongozi z'abahuvye mu mashetani ruhebwa;

وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يُجَٰدِلُ فِى ٱللَّهِ بِغَيْرِ عِلْمٍ وَيَتَّبِعُ كُلَّ شَيْطَٰنٍ مَّرِيدٍ ﴿٣﴾

4. Imana Allah Yaramaze kugena mu vyagezwe, ko uwo wese azoba umugenzi acuditse na shetani, shetani izomuhubisha inzira y'ukuri, imurongore mu nzira imuganisha mu bihano vy'umuriro ururumba.

كُتِبَ عَلَيْهِ أَنَّهُۥ مَن تَوَلَّاهُ فَأَنَّهُۥ يُضِلُّهُۥ وَيَهْدِيهِ إِلَىٰ عَذَابِ ٱلسَّعِيرِ ﴿٤﴾

5. Emwe bantu! Nimwaba mufise amakenga kw'izurwa ry'ibiremwa, nimumenye ko Twebwe Allah Twaremye so Adamu mw'ivu, hanyuma abamukomokako Tubarema mu buryo bwo kurondoka mw'ima ry'intanga umugabo asunikira mu gitereko c'umugore, maze iryo ma rikibumba rikaba amaraso avuze; mu nyuma, nya maraso akiremarema akaba akamanyu k'inyama gaheza kakagenda gakura bukebuke, gushika n'aho kaba kiremwa-muntu kivuka ari ikiremwa kizima gikomeye, hari

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ إِن كُنتُمْ فِى رَيْبٍ مِّنَ ٱلْبَعْثِ فَإِنَّا خَلَقْنَٰكُم مِّن تُرَابٍ ثُمَّ مِن نُّطْفَةٍ ثُمَّ مِنْ عَلَقَةٍ ثُمَّ مِن مُّضْغَةٍ مُّخَلَّقَةٍ وَغَيْرِ مُخَلَّقَةٍ لِّنُبَيِّنَ لَكُمْ ۚ وَنُقِرُّ فِى ٱلْأَرْحَامِ مَا نَشَآءُ إِلَىٰٓ أَجَلٍ مُّسَمًّى ثُمَّ نُخْرِجُكُمْ طِفْلًا ثُمَّ لِتَبْلُغُوٓا۟ أَشُدَّكُمْ ۖ وَمِنكُم مَّن يُتَوَفَّىٰ

وَمِنكُم مَّن يُرَدُّ إِلَىٰٓ أَرۡذَلِ ٱلۡعُمُرِ لِكَيۡلَا يَعۡلَمَ مِنۢ بَعۡدِ عِلۡمٖ شَيۡـٔٗاۚ وَتَرَى ٱلۡأَرۡضَ هَامِدَةٗ فَإِذَآ أَنزَلۡنَا عَلَيۡهَا ٱلۡمَآءَ ٱهۡتَزَّتۡ وَرَبَتۡ وَأَنۢبَتَتۡ مِن كُلِّ زَوۡجِۭ بَهِيجٖ ٥

n'igihe kitaba ikiremwa kizima kikaza ari ikiburirane. Izo ntambwe z'iremwa ryanyu rero, Tuzibatomorera kugira mutahure ubushobozi n'ububasha vyacu Twebwe Allah mu kurema. Turaheza rero Tukagumiza mu gitereko ikiremwa Dushaka ko kivuka ari kizima, gushika igihe c'ivuka. Mu nyuma rero hageze kuvuka, Tukabakura mu nda z'abavyeyi banyu muri abana bagenda barakura bukebuke gushika mugere mu bigero. Muri mwebwe, hari n'abapfa rero bataragera mu bigero, hakaba n'abakura bagashika mu busaza gushika n'aho batakimenya na kimwe, bagatangura guhoha nk'abana, ntibabe bakimenya n'ivyo bahora bazi. Uzobona n'isi yagadutse itakimerako ikintu na kimwe; iyo Tugize ngo Turatumye imvura igwa kuri nya si, buno nyene nya si igaca ibomba, ikiyongera n'akanovera, ikamera n'ubwoko bwose bw'ibimera bibereye ijisho.

ذَٰلِكَ بِأَنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلۡحَقُّ وَأَنَّهُۥ يُحۡيِ ٱلۡمَوۡتَىٰ وَأَنَّهُۥ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٞ ٦

6. Muri ivyo vyose vyadondaguwe rero, harimwo ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Yo Mana y'ukuri Ikwiye gusengwa, Ishoboye no gusubiza ubuzima abapfuye Ikabazura, n'uko ari Yo Mushoboravyose;

وَأَنَّ ٱلسَّاعَةَ ءَاتِيَةٞ لَّا رَيۡبَ فِيهَا وَأَنَّ ٱللَّهَ يَبۡعَثُ مَن فِي ٱلۡقُبُورِ ٧

7. Nya vyemezo birerekana kandi ko isango ry'umuhero w'isi rigiye gushika ata gisivya, n'uko Imana Allah Izozura abapfuye kugira Ibaharurire, Iheze Ibahembere ivyo bakoze.

وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يُجَٰدِلُ فِي ٱللَّهِ بِغَيۡرِ عِلۡمٖ وَلَا هُدٗى وَلَا كِتَٰبٖ مُّنِيرٖ ٨

8. Mu ndongozi z'abagarariji mu bantu rero, harimwo uwuharira ku bijanye n'isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, irungikwa ry'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe n'imanurwa rya Qor'ani, agaharira kuri ivyo ata n'ubumenyi abifiseko, ata n'uburongozi, eka ata n'ivyemezo bitomoye yisunga biri mu Gitabu kivuye ku Mana Allah;

ثَانِيَ عِطۡفِهِۦ لِيُضِلَّ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِۖ لَهُۥ فِي ٱلدُّنۡيَا خِزۡيٞۖ وَنُذِيقُهُۥ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ عَذَابَ ٱلۡحَرِيقِ ٩

9. Agakebanya izosi ku manyama yirengagiza ukuri, kugira aburagize abantu kwinjira mw'idini ry'Imana Allah. Uyo rero yaragenewe guteterwa kw'isi igihe ikinyoma camutekurukanye, kandi Twebwe Allah Tuzonamuhonja ibihano mu muriro ku musi w'izuka;

ذَٰلِكَ بِمَا قَدَّمَتۡ يَدَاكَ وَأَنَّ ٱللَّهَ لَيۡسَ بِظَلَّٰمٖ لِّلۡعَبِيدِ ١٠

10. Azobwirwa ati: "Ivyo bihano wahawe, vyatewe n'ivyaha wakoze kw'isi, n'uko rero Imana Allah Itigera Irenganya n'umwe mu biremwa, mu kugabanywa ku vyiza canke mu kurengerezwa ku vyaha; n'aho koba akantu kangana n'inzatsa Izokamuhembera".

وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يَعۡبُدُ ٱللَّهَ عَلَىٰ حَرۡفٖۖ فَإِنۡ أَصَابَهُۥ خَيۡرٌ ٱطۡمَأَنَّ بِهِۦۖ وَإِنۡ أَصَابَتۡهُ

11. Burya mu bantu, harimwo uwinjirana amakenga mu bwislamu, agoyagoya mu kwemera kwiwe, maze agasenga Imana Allah yijijanya imitima nk'uwuhagaze ku nkengera y'imanga ahakwa guhenukirayo, akizera ivyo

فِتْنَةُ ٱنقَلَبَ عَلَىٰ وَجْهِهِۦ خَسِرَ ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةَۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلْخُسْرَانُ ٱلْمُبِينُ ﴿١١﴾

yemera yisunze amaronko y'ivy'isi. Iyo aroraniwe mu buzima, araheza agashishikara gusenga; iyo naho ageragejwe mu gushikirwa n'amagorwa, aca yisubirako akidodomba ko ata ciza yigeze abona mu kwemera kwiwe. Uyo rero yarahomvye mu buzima bwo kw'isi, kuko ukwidodomba kwiwe ata co guhindura ku vyagezwe kuri we; vyongeye, yarahomvye no mu buzima bwiwe bw'inyuma yo gupfa, kuko azotabwa mu muriro. Ukwo rero, ni kwo guhomba nya guhomba;

يَدْعُواْ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَا لَا يَضُرُّهُۥ وَمَا لَا يَنفَعُهُۥۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلضَّلَٰلُ ٱلْبَعِيدُ ﴿١٢﴾

12. Uyo yahomvye mu buzima bw'inyuma yo gupfa, araheza agasenga mu gishingo c'Imana Allah ikintu ata co kimwicira mu gihe yoreka kugisenga, eka ata n'ico kimumarira mu gihe yogisenga. Ukwo rero, ni kwo guhuba kuri kure cane y'ukuri;

يَدْعُواْ لَمَن ضَرُّهُۥٓ أَقْرَبُ مِن نَّفْعِهِۦۚ لَبِئْسَ ٱلْمَوْلَىٰ وَلَبِئْسَ ٱلْعَشِيرُ ﴿١٣﴾

13. Asenga ikintu amabi yaco kuri we ari yo menshi cane gusumba ivyiza vyaco. Igisengwa rero muri ubwo buryo, kiba ari umutabazi mubi cane, kiba ari na wo muryango mubi cane.

إِنَّ ٱللَّهَ يُدْخِلُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُۚ إِنَّ ٱللَّهَ يَفْعَلُ مَا يُرِيدُ ﴿١٤﴾

14. Mu vy'ukuri Imana Allah, Izokwinjiza abayemeye bakemera n'Intumwa yayo, bagakora n'ivyiza bitegetswe, mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi. Mu vy'ukuri Imana Allah, Ikora ivyo Ishatse mu gutera iteka abagororotsi ku butore bwayo, no mu guhana abanyavyaha ku butungane bwayo.

مَن كَانَ يَظُنُّ أَن لَّن يَنصُرَهُ ٱللَّهُ فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِ فَلْيَمْدُدْ بِسَبَبٍ إِلَى ٱلسَّمَآءِ ثُمَّ لْيَقْطَعْ فَلْيَنظُرْ هَلْ يُذْهِبَنَّ كَيْدُهُۥ مَا يَغِيظُ ﴿١٥﴾

15. Uwibwira ko Imana Allah Itazoshikana ku ntsinzi Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), maze idini ryayo rigatsinda kw'isi, Ikanamuha icubahiro nta ngere mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Igaheza Igahana n'abamuhakana bivuye inyuma, aramanika rero umugozi ku rusenge aheze yimanike, hanyuma atanguye gusambagirika ace nya mugozi, mu nyuma aheze arabe ko ishavu afise ritewe n'uko Imana Allah Ishikanye ku ntsinzi Intumwa yayo, ryohera!

وَكَذَٰلِكَ أَنزَلْنَٰهُ ءَايَٰتٍۭ بَيِّنَٰتٍ وَأَنَّ ٱللَّهَ يَهْدِى مَن يُرِيدُ ﴿١٦﴾

16. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twatomoye ivyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vyacu mu kuzura abapfuye - Twamanuye Qor'ani irimwo Aayah zitomoye zituma Imana Allah Irongora mu nzira yayo uwo Ishatse.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَٱلَّذِينَ هَادُواْ وَٱلصَّٰبِـِٔينَ وَٱلنَّصَٰرَىٰ وَٱلْمَجُوسَ وَٱلَّذِينَ أَشْرَكُوٓاْ إِنَّ ٱللَّهَ يَفْصِلُ بَيْنَهُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ شَهِيدٌ ﴿١٧﴾

17. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bakanayikurikira, abayahudi, abatsimbataye kuri kameremere kabo batagira idini nyezina, abanaswara, abasenga umuriro n'ibindi bigirwamana hamwe rero n'ababangikanyamana, abo bose Imana Allah ku musi

w'izuka Izobatandukanya, Iheze Yinjize abemeramana mu Bwami bw'ijuru, maze Ihanishe umuriro abagarariji. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irabona neza ibikorwa vyose vy'ibiremwa, Izobibihembera.

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ يَسْجُدُ لَهُۥ مَن فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَن فِى ٱلْأَرْضِ وَٱلشَّمْسُ وَٱلْقَمَرُ وَٱلنُّجُومُ وَٱلْجِبَالُ وَٱلشَّجَرُ وَٱلدَّوَآبُّ وَكَثِيرٌ مِّنَ ٱلنَّاسِ ۖ وَكَثِيرٌ حَقَّ عَلَيْهِ ٱلْعَذَابُ ۗ وَمَن يُهِنِ ٱللَّهُ فَمَا لَهُۥ مِن مُّكْرِمٍ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ يَفْعَلُ مَا يَشَآءُ ﴿١٨﴾

18. Ntumwa y'Imana! Ntiwamenye ko mu vy'ukuri, Imana Allah Yubamirwa n'abamalayika bari mu majuru hamwe n'ibiremwa biri mw'isi, Ikubamirwa n'izuba, ukwezi, inyenyeri, imisozi, ibiti hamwe n'ibindi biremwa bigendagenda kw'isi, Ikubamirwa kandi na benshi mu bemeramana mu bantu! Hari n'abandi benshi mu bantu rero bamaze kwagirwa n'ibihano bisuzuguza. Uwo wese rero azosuzuguzwa n'Imana Allah, ntuzomuronkera n'umwe yomuhesha icubahiro. Mu vy'ukuri Imana Allah, Ikora ivyo Ishatse ku biremwa vyayo ku ntumbero nziza ibifiseko.

هَٰذَانِ خَصْمَانِ ٱخْتَصَمُوا۟ فِى رَبِّهِمْ ۖ فَٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ قُطِّعَتْ لَهُمْ ثِيَابٌ مِّن نَّارٍ يُصَبُّ مِن فَوْقِ رُءُوسِهِمُ ٱلْحَمِيمُ ﴿١٩﴾

19. Hari imigwi ibiri yashamiranye ku bijanye n'Imana yayo Rurema Allah; umugwi w'abemeramana n'uw'abagarariji, umugwi wose muri yo ukibwira ko ari wo uri mu kuri. Burya rero, abagarariji bazokwugarizwa n'ibihano vy'ukwambikwa impuzu zihinguwe mu muriro, baheze basukwe ku mutwe amazi yasebuye akaryimara;

يُصْهَرُ بِهِۦ مَا فِى بُطُونِهِمْ وَٱلْجُلُودُ ﴿٢٠﴾

20. Maze nya mazi aturire ibiri mu nda hamwe n'uruhu rw'umubiri;

وَلَهُم مَّقَٰمِعُ مِنْ حَدِيدٍ ﴿٢١﴾

21. Abamalayika baheze bahondagure imitwe yabo n'inyundo z'icuma;

كُلَّمَآ أَرَادُوٓا۟ أَن يَخْرُجُوا۟ مِنْهَا مِنْ غَمٍّ أُعِيدُوا۟ فِيهَا وَذُوقُوا۟ عَذَابَ ٱلْحَرِيقِ ﴿٢٢﴾

22. Igihe cose bazogerageza kwikura mu muriro, barondera guhunga akaga n'agahinda biriyo, bazokubitirwa gusubirayo, maze babwirwe bati: "Nimuhonje nyabuna ibihano vy'umuriro uturira".

إِنَّ ٱللَّهَ يُدْخِلُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ يُحَلَّوْنَ فِيهَا مِنْ أَسَاوِرَ مِن ذَهَبٍ وَلُؤْلُؤًا ۖ وَلِبَاسُهُمْ فِيهَا حَرِيرٌ ﴿٢٣﴾

23. Mu vy'ukuri Imana Allah, Izokwinjiza abayemeye bakemera n'Intumwa yayo, bagakora n'ivyiza bitegetswe, mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi. Muri nya Bwami, bazoberwa n'ukwambikwa imiringa y'inzahabu n'ilulu[1], abagabo co kimwe n'abagore bazoba bambaye n'impuzu za misi yose zishonywe mw'iharire;

وَهُدُوٓا۟ إِلَى ٱلطَّيِّبِ مِنَ ٱلْقَوْلِ وَهُدُوٓا۟ إِلَىٰ صِرَٰطِ ٱلْحَمِيدِ ﴿٢٤﴾

24. Na kare Imana Allah, Yarabarongoye bakiri kw'isi kw'ijambo ryiza ryo kuyemera no kuyininahaza, Ibarongora no mu buzima bw'inyuma yo gupfa kw'ijambo ryo kuyishimagiza, Yari Yaranabarongoye mu nzira ibereye y'idini ry'ubwislamu ibashikana mu Bwami bw'ijuru.

[1] Lulu, ni ubwoko bw'ubutare bwiburungushuye, bucukurwa mw'ibahari, bukaba buboneka mu binyabuzima biba musi yaryo, bukagira amabara atandukanye; nk'ibara ryera, iryirabura, n'ayandi. Ni ubutare buzimvye cane.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَيَصُدُّونَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ وَٱلۡمَسۡجِدِ ٱلۡحَرَامِ ٱلَّذِي جَعَلۡنَٰهُ لِلنَّاسِ سَوَآءً ٱلۡعَٰكِفُ فِيهِ وَٱلۡبَادِۚ وَمَن يُرِدۡ فِيهِ بِإِلۡحَادِۭ بِظُلۡمٖ نُّذِقۡهُ مِنۡ عَذَابٍ أَلِيمٖ ٢٥

25. Mu vy'ukuri abagararije Imana Allah, bagahakana bivuye inyuma n'ubutumwa bashikirijwe n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bakaburagiza n'abantu kwinjira mu bwislamu, bakanaburabuza Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe n'abemeramana kwinjira mu musigiti w'i Makka, umusigiti Twebwe Allah Twagize kuba ihuriro ry'abemeramana bose, ku basanzwe baba ng'aho co kimwe n'ingenzi zije zihagana, abo rero baragenewe ibihano bibabaza. N'uwo wese rero azoshaka kurenganya mu gucumurira muri nya musigiti, Tuzomuhonja ibihano bibabaza.

وَإِذۡ بَوَّأۡنَا لِإِبۡرَٰهِيمَ مَكَانَ ٱلۡبَيۡتِ أَن لَّا تُشۡرِكۡ بِي شَيۡـٔٗا وَطَهِّرۡ بَيۡتِيَ لِلطَّآئِفِينَ وَٱلۡقَآئِمِينَ وَٱلرُّكَّعِ ٱلسُّجُودِ ٢٦

26. Muvugishwamana! Ibuka igihe Twamenyesha Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ahazokwubakwa ingoro ntagatifu, Tukamubwiriza kuyubaka mu ntumbero yo gutsimbataza isengwa ry'Imana Imwe Rudende, Duti: "Ntukambangikanye rero n'ikintu na kimwe. Niweze n'iyi ngoro yanje; ntigakorerwemwo igarariza, ivyadukano n'ibihumanya vyose, kugira nya ngoro ibe ihuriro ry'abayikikura hamwe n'abatsimbataza amasengesho bunama bubama;

وَأَذِّن فِي ٱلنَّاسِ بِٱلۡحَجِّ يَأۡتُوكَ رِجَالٗا وَعَلَىٰ كُلِّ ضَامِرٖ يَأۡتِينَ مِن كُلِّ فَجٍّ عَمِيقٖ ٢٧

27. Ewe Ibrahimu! Menyesha abantu ko babwirijwe gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka, bazoheze bashwabadukire rimwe mu buryo bwose butandukanye; abagenda n'amaguru n'abagendera ku bitwazi, maze baze bavuye mu mihingo yose y'isi;

لِّيَشۡهَدُواْ مَنَٰفِعَ لَهُمۡ وَيَذۡكُرُواْ ٱسۡمَ ٱللَّهِ فِيٓ أَيَّامٖ مَّعۡلُومَٰتٍ عَلَىٰ مَا رَزَقَهُم مِّنۢ بَهِيمَةِ ٱلۡأَنۡعَٰمِۖ فَكُلُواْ مِنۡهَا وَأَطۡعِمُواْ ٱلۡبَآئِسَ ٱلۡفَقِيرَ ٢٨

28. Kugira bibonere ukuri kwamye ibibafitiye akamaro[1]; no kugira baninahaze bongere batazire izina ry'Imana Allah mu gihe co kubaga ibitungwa mu misi izwi[2], ivyo bakabikora mu ntumbero yo gushima inema z'Imana Allah. Bantu muzoja gushengerera ingoro ntagatifu! Muraheza rero mufungure kuri nya bitungwa mwongere mubifungurireko n'aboro;

ثُمَّ لۡيَقۡضُواْ تَفَثَهُمۡ وَلۡيُوفُواْ نُذُورَهُمۡ وَلۡيَطَّوَّفُواْ بِٱلۡبَيۡتِ ٱلۡعَتِيقِ ٢٩

29. Hanyuma abagiye gushengerera nya ngoro, baheze batunganye iyindi migirwa yo gushengerera ingoro ntagatifu, ijanye no kwiyuhagira, uguca inzara no kumwa umushatsi, baheze kandi bubahirize ishirwa mu ngiro ry'ivyo biyemeje gukora bijanye n'ishengerera n'igendera ry'ingoro ntagatifu, harimwo no kubaga, bongere bakikure inyubakwa ya kera ya Al-Ka'ba, ikingiwe;

ذَٰلِكَۖ وَمَن يُعَظِّمۡ حُرُمَٰتِ ٱللَّهِ فَهُوَ خَيۡرٞ لَّهُۥ عِندَ رَبِّهِۦۗ وَأُحِلَّتۡ لَكُمُ ٱلۡأَنۡعَٰمُ إِلَّا

30. Iyo migirwa rero, ni yo mutegetswe kwubaha mukubahiriza. Uwuzokwubaha akubahiriza amabwirizwa y'ivyaziririjwe n'Imana Allah mu gutunganya neza imigirwa

[1] Kubabarirwa ivyaha, guhabwa indishi, kwunguka mu rudandazwa, n'ibindi.
[2] Iyo misi, ni umusi wa 10 mu kwezi kwa 12 kwa Dhu l-Hijja, hamwe n'imisi itatu ikurikira.

yo gushengerera ingoro ntagatifu, bizoba ari vyiza kuri we kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa". Mwaranarekuriwe gufungura inyama z'ibitungwa vyose, kiretse ivyaziririjwe kuri mwebwe mu vyo musomerwa muri Qor'ani, ko biziririjwe, ivyo rero muririnda kubifungura. Muraheza rero kandi mwirinde isengwa ry'ibigirwamana bihumanye, vyongeye mwirinde n'ikinyoma kuko ari irementanya ku Mana Allah;

مَا يُتْلَىٰ عَلَيْكُمْ ۖ فَٱجْتَنِبُوا۟ ٱلرِّجْسَ مِنَ ٱلْأَوْثَٰنِ وَٱجْتَنِبُوا۟ قَوْلَ ٱلزُّورِ ﴿٣٠﴾

31. Maze rero musenge Imana Imwe Rudende Allah, mwicishije bugufi mutayibangikanya n'ikintu na kimwe; burya rero uwubangikanije Imana Allah n'ikintu na kimwe ari kure y'ukurongoka; ameze nk'umuntu ahanantutse avuye mu kirere[1], maze inyoni zikamusamira hejuru zimutabaguratabagura, canke hakaza igihuhusi kikamujugunya iyo catawe;

حُنَفَآءَ لِلَّهِ غَيْرَ مُشْرِكِينَ بِهِۦ ۚ وَمَن يُشْرِكْ بِٱللَّهِ فَكَأَنَّمَا خَرَّ مِنَ ٱلسَّمَآءِ فَتَخْطَفُهُ ٱلطَّيْرُ أَوْ تَهْوِى بِهِ ٱلرِّيحُ فِى مَكَانٍ سَحِيقٍ ﴿٣١﴾

32. Iryo rero, ni ryo bwirizwa ryo gusenga Imana Imwe Rudende Allah no kwicisha bugufi kuri Yo. Uwuzokwubaha akubahiriza rero ibimenyetso vy'idini ry'Imana Allah[2], nta nkeka ko mu vy'ukuri iyubaha n'iyubahirizwa ry'ivyo bimenyetso, biri mu bikorwa vy'igamburukiramana ry'imitima.

ذَٰلِكَ ۖ وَمَن يُعَظِّمْ شَعَٰٓئِرَ ٱللَّهِ فَإِنَّهَا مِن تَقْوَى ٱلْقُلُوبِ ﴿٣٢﴾

33. Imbagwa murekuriwe gukerera rero, zirabafitiye akamaro mu kwikora ku bwoya bwazo, amata yazo hamwe no kuziyunguruzako, n'ibindi bitageramira izo mbagwa, mu gihe cose umwanya zibagirwako mu kibanza c'inyubakwa ya kera ihezagiwe, uzoba utaragera.

لَكُمْ فِيهَا مَنَٰفِعُ إِلَىٰٓ أَجَلٍ مُّسَمًّى ثُمَّ مَحِلُّهَآ إِلَى ٱلْبَيْتِ ٱلْعَتِيقِ ﴿٣٣﴾

34. Umugwi wose w'abemeramana mu bantu b'aho hambere, Twawugeneye imigirwa ubwirizwa kwubaha no kwubahiriza, kugira uninahaze wongere utazire izina ry'Imana Allah mu gihe co kubaga ibitungwa Yawuronkeje, uheze unashimire Imana Allah. Bantu! Burya Imana yanyu, ni Imana Imwe Rudende Allah, nimwicishe bugufi rero kuri Yo, mwongere mwumvire n'Intumwa yayo. Muvugishwamana! Shikiriza rero abicisha bugufi ku Mana Allah inkuru ihumuriza yo kuroranirwa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

وَلِكُلِّ أُمَّةٍ جَعَلْنَا مَنسَكًا لِّيَذْكُرُوا۟ ٱسْمَ ٱللَّهِ عَلَىٰ مَا رَزَقَهُم مِّنۢ بَهِيمَةِ ٱلْأَنْعَٰمِ ۗ فَإِلَٰهُكُمْ إِلَٰهٌ وَٰحِدٌ فَلَهُۥٓ أَسْلِمُوا۟ ۗ وَبَشِّرِ ٱلْمُخْبِتِينَ ﴿٣٤﴾

35. Barya iyo hayazwe Imana Allah, bagira impungenge zo gutinya ibihano vyayo bakiyubara no guca kubiri n'amabwirizwa yayo, bakihanganira ibiza n'ivyago bibashikiye bazeye indishi kuri Yo, bagatsimbataza n'amasengesho akwije ibisabwa, bagatanga n'ishikanwa-

الَّذِينَ إِذَا ذُكِرَ ٱللَّهُ وَجِلَتْ قُلُوبُهُمْ وَٱلصَّٰبِرِينَ عَلَىٰ مَآ أَصَابَهُمْ وَٱلْمُقِيمِى ٱلصَّلَوٰةِ وَمِمَّا رَزَقْنَٰهُمْ يُنفِقُونَ ﴿٣٥﴾

[1] Ako ni akarorero k'umuntu aretse kwemera agahitamwo kugarariza.

[2] Muri ivyo bimenyetso vyubahwa bikubahirizwa, ni imigirwa y'ishengerera hamwe n'ibibanza bitandukanye iyo migirwa iberamwo, ibibagwa n'imbagwa.

bwirizwa hamwe n'imperezwa mu vyo Twebwe Allah Twabaronkeje[1].

وَٱلْبُدْنَ جَعَلْنَٰهَا لَكُم مِّن شَعَٰٓئِرِ ٱللَّهِ لَكُمْ فِيهَا خَيْرٌ ۖ فَٱذْكُرُوا۟ ٱسْمَ ٱللَّهِ عَلَيْهَا صَوَآفَّ ۖ فَإِذَا وَجَبَتْ جُنُوبُهَا فَكُلُوا۟ مِنْهَا وَأَطْعِمُوا۟ ٱلْقَانِعَ وَٱلْمُعْتَرَّ ۚ كَذَٰلِكَ سَخَّرْنَٰهَا لَكُمْ لَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ ﴿٣٦﴾

36. Ukubaga ingamiya n'inka zinuze, Twakugize kuri mwebwe kuba mu bimenyetso vy'idini ry'Imana Allah, kugira mwiyegereze Imana Allah. Ibagwa ry'ivyo bitungwa rero, riranabafitiye akamaro, kuko muheza mugafungura mukanatanga imperezwa ku nyama zavyo, gutyo mukabironkera indishi. Muraheza rero mu gihe co kubibaga muvuge muti: "BISMI LLAAH"; ingamiya niyamara kugwira urubavu, izoba irekuwe gufungurwa[2]. Muraheza mufungure ku nyama zazo, mwongere mufungurireko umworo yigumya ntasege hamwe n'umukene yubahuka agasega. Ni ukwo rero Imana Allah Yaborohereje kubaga nya ngamiya n'inka zinuze kugira muyishimire.

لَن يَنَالَ ٱللَّهَ لُحُومُهَا وَلَا دِمَآؤُهَا وَلَٰكِن يَنَالُهُ ٱلتَّقْوَىٰ مِنكُمْ ۚ كَذَٰلِكَ سَخَّرَهَا لَكُمْ لِتُكَبِّرُوا۟ ٱللَّهَ عَلَىٰ مَا هَدَىٰكُمْ ۗ وَبَشِّرِ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٣٧﴾

37. Inyama za nya bitungwa eka n'amaraso yavyo, ntibishikira Imana Allah, ariko igishikira Imana Allah ni igamburukiramana ryanyu mu kuba mwabibaze ku bwayo. Ni ukwo rero, Imana Allah Yaborohereje kubaga nya bitungwa kugira mukuze Imana Allah mwongere muyishimire ku kuntu Yabarongoye mu nzira yayo. Muvugishwamana! Shikiriza rero abagwaneza mu kwiyegereza Imana Allah no mu gufasha ibiremwa vyayo, inkuru ihumuriza yo kuroranirwa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

إِنَّ ٱللَّهَ يُدَٰفِعُ عَنِ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ كُلَّ خَوَّانٍ كَفُورٍ ﴿٣٨﴾

38. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irakingira abemeramana akadenderezo k'abagarariji; mu vy'ukuri Imana Allah, ntikunda namba umuhemu atubahiriza isezerano ryayo, yihakana inema zayo.

أُذِنَ لِلَّذِينَ يُقَٰتَلُونَ بِأَنَّهُمْ ظُلِمُوا۟ ۚ وَإِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ نَصْرِهِمْ لَقَدِيرٌ ﴿٣٩﴾

39. Abahabishijwe bagacurwa bufuni na buhoro, bararekuriwe kwivuna umwansi ku rugamba ku mvo z'uko barenganijwe; kandi Imana Allah, mu vy'ukuri Irashoboye kubatabara no gutetereza umwansi wabo[3];

ٱلَّذِينَ أُخْرِجُوا۟ مِن دِيَٰرِهِم بِغَيْرِ حَقٍّ إِلَّآ أَن يَقُولُوا۟ رَبُّنَا ٱللَّهُ ۗ وَلَوْلَا دَفْعُ ٱللَّهِ ٱلنَّاسَ

40. Abasohowe mu zabo hatisunzwe ukuri, bakomorwa ata kindi bazira atari uko bavuga bati: "Imana yacu Rurema ni Allah". Iyo hataba ingingo yashinzwe n'Imana Allah yo kurenganura uwarenganijwe ku neza y'idini,

[1] Hatibagiwe kubeshaho umuryango, gutanga imperezwa mu bikorwa vy'Imana Allah, guha imperezwa abavyeyi mu gihe boba bakenye, n'ibindi.

[2] Ingamiya ibagwa ihagaze ku maguru atatu ukundi kuguru kugira kane kuboshwe, bagaca rero bayicumita inkota mw'izosi igaca igwira urubavu. Ubwo buryo bukoreshwa mu kubaga ingamiya bwitwa "annahr".

[3] Mu kiringo c'imyaka cumi n'itatu abemeramana bamaze i Makka, ntibari barekuriwe na gato kwihora uwubasindiye canke uwubarenganije, ahubwo bari bategetswe kwihangana no kutihora ku bibashikiye vyose. Aho rero Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yimukiye ikava i Makka ikaja i Madina, abislamu na bo bakiyongera igitigiri, Imana Allah Yaciye Ihishura iyi Aayah, Ibarekurira kwirwanako ku rugamba.

hamwe no kwamirira kure inabi mu kurekurira abemeramana kwivuna umwansi ku rugamba, ukuri kwari kuneshwa, ubwononyi na bwo bukiganza kw'isi, maze amasengero[1] n'imisigiti biyagirwamwo kenshi izina ry'Imana Allah, bigasenyurwa. Ni ukuri, Imana Allah Itabara abaharanira idini ryayo. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nyeninguvu, Nyenintsinzi-Mutaneshwa;

بَعْضَهُم بِبَعْضٍ لَّهُدِّمَتْ صَوَٰمِعُ وَبِيَعٌ وَصَلَوَٰتٌ وَمَسَٰجِدُ يُذْكَرُ فِيهَا ٱسْمُ ٱللَّهِ كَثِيرًا ۗ وَلَيَنصُرَنَّ ٱللَّهُ مَن يَنصُرُهُۥٓ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَقَوِىٌّ عَزِيزٌ ﴿٤٠﴾

41. Barya iyo Twebwe Allah Tubatsimbataje kw'isi, baheza bagatsimbataza amasengesho ku mwanya wayo, bagatanga n'ishikanwa-bwirizwa, bakabwiriza no gukora ivyiza[2] bakanabuza no gukora ibibi[3]. Burya rero iherezo ry'ibintu vyose rigenwa n'Imana Allah.

ٱلَّذِينَ إِن مَّكَّنَّٰهُمْ فِى ٱلْأَرْضِ أَقَامُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتَوُا۟ ٱلزَّكَوٰةَ وَأَمَرُوا۟ بِٱلْمَعْرُوفِ وَنَهَوْا۟ عَنِ ٱلْمُنكَرِ ۗ وَلِلَّهِ عَٰقِبَةُ ٱلْأُمُورِ ﴿٤١﴾

42. Ntumwa y'Imana! Abantu bawe warungitsweko nibaguhakana bivuye inyuma, si wewe uzoba ubaye uwa mbere, ni ukuri n'abantu bo hambere yawe barahakanye bivuye inyuma Intumwa barungikiwe; abarungikiwe Nuhu, Bene Aadi barungikiwe Huudi, Bene Thamuudi barungikiwe Swalehe;

وَإِن يُكَذِّبُوكَ فَقَدْ كَذَّبَتْ قَبْلَهُمْ قَوْمُ نُوحٍ وَعَادٌ وَثَمُودُ ﴿٤٢﴾

43. Abantu barungikiwe Ibrahimu n'abarungikiwe Luutwi;

وَقَوْمُ إِبْرَٰهِيمَ وَقَوْمُ لُوطٍ ﴿٤٣﴾

44. Abanya Madiyana bahakanye Shu'ayibu, Musa yahakanywe na Firawuni n'abantu biwe. Nahavuye rero Ntenyenya sinihutira guhana abo bagarariji, hanyuma ni ho Nafata umugwi umwumwe nkawuhana bikwiye. Mbega none ukubihaniza kwanje Jewe Allah ko batogarariza n'uko batokwihakana inema zanje, vyabashikanye kuki atari ibihano!

وَأَصْحَٰبُ مَدْيَنَ ۖ وَكُذِّبَ مُوسَىٰ ۖ فَأَمْلَيْتُ لِلْكَٰفِرِينَ ثُمَّ أَخَذْتُهُمْ ۖ فَكَيْفَ كَانَ نَكِيرِ ﴿٤٤﴾

45. Hari uducimbiri twinshi rero twirenganije mu kugarariza, Turaheza Twebwe Allah Duhonya abatubamwo, maze nya ducimbiri dusigara tugaragara ata n'igisanira kiharangwa, amariba bavomamwo arasiba, n'inyubakwa zikomeye zishajije babamwo, ntizabakingiye namba ibihano.

فَكَأَيِّن مِّن قَرْيَةٍ أَهْلَكْنَٰهَا وَهِىَ ظَالِمَةٌ فَهِىَ خَاوِيَةٌ عَلَىٰ عُرُوشِهَا وَبِئْرٍ مُّعَطَّلَةٍ وَقَصْرٍ مَّشِيدٍ ﴿٤٥﴾

46. Mbega abahakanyi ntibaragendagenda kw'isi kugira ngo birabire ibisigarira vy'abahonejwe ngo bagire umutima unyurwa, n'ubwenge bwiyumvira koko, canke ngo bagire amatwi yumva agategera! Burya ubuhumyi nya buhumyi si ubw'amaso, ahubwo nyabuna ubuhumyi nya buhumyi, ni ubw'umutima uri mu gikiriza utanyurwa n'ukuri.

أَفَلَمْ يَسِيرُوا۟ فِى ٱلْأَرْضِ فَتَكُونَ لَهُمْ قُلُوبٌ يَعْقِلُونَ بِهَآ أَوْ ءَاذَانٌ يَسْمَعُونَ بِهَا ۖ فَإِنَّهَا لَا تَعْمَى ٱلْأَبْصَٰرُ وَلَٰكِن تَعْمَى ٱلْقُلُوبُ ٱلَّتِى فِى ٱلصُّدُورِ ﴿٤٦﴾

[1] SWAWAAMI'U ni ubwiherero bw'abihebeye Imana. BIYA'U ni isengero ry'abanaswara. SWALAWAATU ni ahantu abayahudi basengera. MASAAJIDI ni ahantu abislamu basengera.
[2] Mu kwubaha no kwubahiriza agateka k'Imana Allah n'agateka k'ibiremwa.
[3] Vyabujijwe n'Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo.

47. Ntumwa y'Imana! Abahakanyi bagusaba ko wokwihutira kubasabira igihano c'ihakana ryabo, burya Imana Allah ntizoca kubiri n'isezerano ryo kubahanira ihakana ryabo, nta nkeka rero ko, bitebe bitebuke, Izobahana nk'uko Yahanishije ukwicwa bamwe muri bo ku rugamba rwa Badri. Mu vy'ukuri, umusi w'izuka ku Mana yawe Rurema Allah, ungana n'imyaka igihumbi mufatiye ku myaka muharura kw'isi.

وَيَسْتَعْجِلُونَكَ بِٱلْعَذَابِ وَلَن يُخْلِفَ ٱللَّهُ وَعْدَهُۥ ۚ وَإِنَّ يَوْمًا عِندَ رَبِّكَ كَأَلْفِ سَنَةٍ مِّمَّا تَعُدُّونَ ﴿٤٧﴾

48. Hari n'uducimbiri twinshi rero twirenganije mu kugarariza, maze Jewe Allah Ndatenyenya guhana abatubamwo, baca bararendegera mu butumva; mu nyuma, Ndaheza rero Ndabahana bakiri kw'isi barahona, kandi n'iherezo ryabo ni iwanje Jewe Allah, kugira Ndabahe ibihano bibakwiye mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَكَأَيِّن مِّن قَرْيَةٍ أَمْلَيْتُ لَهَا وَهِىَ ظَالِمَةٌ ثُمَّ أَخَذْتُهَا وَإِلَىَّ ٱلْمَصِيرُ ﴿٤٨﴾

49. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Emwe bantu! Ni ukuri jewe, ndi Umugabisha atomoye ku bihano vy'Imana Allah";

قُلْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ إِنَّمَآ أَنَا۠ لَكُمْ نَذِيرٌ مُّبِينٌ ﴿٤٩﴾

50. Abemeye rero Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe, bazogumirizwa akabanga ku vyaha vyabo ntibabihanirwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa, bazonaronka n'impano zubashwe kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru;

فَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَهُم مَّغْفِرَةٌ وَرِزْقٌ كَرِيمٌ ﴿٥٠﴾

51. Nayo abakoresheje urwenge mu kubeshuza Aayah zacu za Qor'ani ngo bazirwanye, bahakane n'Intumwa zacu bivuye inyuma, bibwira ko bazotunaniza Twebwe Allah, abo ni bo bantu rero bo mu muriro ururumba.

وَٱلَّذِينَ سَعَوْا۟ فِىٓ ءَايَٰتِنَا مُعَٰجِزِينَ أُو۟لَٰٓئِكَ أَصْحَٰبُ ٱلْجَحِيمِ ﴿٥١﴾

52. Ntumwa y'Imana! Ntitwigeze Dutuma aho hambere yawe Intumwa canke Umuvugishwamana, kiretse ko mu gihe ariko arasoma ivyo yahishuriwe, shetani yaca itera amazinda mu vyo asoma, kugira abantu ntibakurikire ivyo asoma, hanyuma Imana Allah na Yo Ikaba Yabihinyuye kera, Ikamara nya mazinda, Igaheza Igatunganya Aayah zayo zitomoye. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, nta co Iyobewe; Intungane mu vyo Ikora;

وَمَآ أَرْسَلْنَا مِن قَبْلِكَ مِن رَّسُولٍ وَلَا نَبِىٍّ إِلَّآ إِذَا تَمَنَّىٰٓ أَلْقَى ٱلشَّيْطَٰنُ فِىٓ أُمْنِيَّتِهِۦ ۖ فَيَنسَخُ ٱللَّهُ مَا يُلْقِى ٱلشَّيْطَٰنُ ثُمَّ يُحْكِمُ ٱللَّهُ ءَايَٰتِهِۦ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٌ ﴿٥٢﴾

53. Iryo teramazinda rya shetani rero, riba kugira Imana Allah Irigire ikigeragezo ku bantu bafise indwara y'uburyarya mu mutima, no ku barangwa n'agatimatare mu babangikanyamana batigera bikebuka. Mu vy'ukuri, abirenganije mw'ibangikanyamana, barangwa n'urwanko rwo guca kubiri n'Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo, urwanko ruri kure cane y'ukuri;

لِّيَجْعَلَ مَا يُلْقِى ٱلشَّيْطَٰنُ فِتْنَةً لِّلَّذِينَ فِى قُلُوبِهِم مَّرَضٌ وَٱلْقَاسِيَةِ قُلُوبُهُمْ ۗ وَإِنَّ ٱلظَّٰلِمِينَ لَفِى شِقَاقٍۭ بَعِيدٍ ﴿٥٣﴾

54. No kugira ngo abahawe ubumenyi, bamenye ko Qor'ani ari kwo kuri kudahinyuzwa kuva ku Mana yawe Rurema Allah, maze bayemere ata gushidikanya, baheze bicishe bugufi kuri Yo. Mu vy'ukuri, nta nkeka ko Imana Allah Irongora abayemeye bakemera n'Intumwa yayo mu nzira yayo igororotse y'ubwislamu.

وَلِيَعْلَمَ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلْعِلْمَ أَنَّهُ ٱلْحَقُّ مِن رَّبِّكَ فَيُؤْمِنُواْ بِهِۦ فَتُخْبِتَ لَهُۥ قُلُوبُهُمْ ۗ وَإِنَّ ٱللَّهَ لَهَادِ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٥٤﴾

55. Abagararije bagahakana Imana Allah bivuye inyuma, ntibahengeshanya kugumana amazinda kuri Qor'ani kugera bashikiwe giturumbuka n'umuhero w'isi bagihakana, canke bashikiwe n'ibihano ku musi utazoberera namba, ukaba ari wo musi w'izuka;

وَلَا يَزَالُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ فِى مِرْيَةٍ مِّنْهُ حَتَّىٰ تَأْتِيَهُمُ ٱلسَّاعَةُ بَغْتَةً أَوْ يَأْتِيَهُمْ عَذَابُ يَوْمٍ عَقِيمٍ ﴿٥٥﴾

56. Inganji y'ubwami kuri uwo musi w'izuka, ni iy'Imana Allah Izoheza Igaca urugororotse hagati y'abemeramana n'abagarariji. Abemeye rero Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe, bazoba bari mu Bwami bw'ijuru bwuzuyemwo inema.

ٱلْمُلْكُ يَوْمَئِذٍ لِّلَّهِ يَحْكُمُ بَيْنَهُمْ ۚ فَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ فِى جَنَّٰتِ ٱلنَّعِيمِ ﴿٥٦﴾

57. Nayo abagararije isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah bakanahakana bivuye inyuma Intumwa yayo hamwe na Aayah za Qor'ani, abo ni bo bantu rero bagenewe ibihano bisuzuguza vyo mu muriro wa Jahannamu.

وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَكَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا فَأُوْلَٰٓئِكَ لَهُمْ عَذَابٌ مُّهِينٌ ﴿٥٧﴾

58. Abataye izabo bakimuka ku bw'Imana Allah, mu ntumbero yo guharanira idini ryayo, hanyuma bakicirwa ku rugamba canke bagahitanwa n'urupfu rusanzwe, nta nkeka ko Imana Allah Izobaronsa Impano zishemeye kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru; kandi mu vy'ukuri, nta nkeka ko Imana Allah ari Yo Mwiza w'abaronsa ibibeshaho ibiremwa.

وَٱلَّذِينَ هَاجَرُواْ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ ثُمَّ قُتِلُوٓاْ أَوْ مَاتُواْ لَيَرْزُقَنَّهُمُ ٱللَّهُ رِزْقًا حَسَنًا ۚ وَإِنَّ ٱللَّهَ لَهُوَ خَيْرُ ٱلرَّٰزِقِينَ ﴿٥٨﴾

59. Mu vy'ukuri, nta nkeka ko Imana Allah Izobinjiza mu bwinjiriro bashima bubashikana mu Bwami bw'ijuru. Mu vy'ukuri, nta n'inkeka ko Imana Allah ari Yo Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ico umwumwe wese azirikana mu kuyiharanira; Nyenubwitonzi-ntangere, ntiyihutira guhana ibigaba;

لَيُدْخِلَنَّهُم مُّدْخَلًا يَرْضَوْنَهُۥ ۗ وَإِنَّ ٱللَّهَ لَعَلِيمٌ حَلِيمٌ ﴿٥٩﴾

60. Iyo rero, ni yo ndishi ibereye abimuka ku bw'Imana Allah. Kukaba nkako, uwuzorenganywa ararekuriwe kwihora uwamurenganije ku rugero nk'urwo yarenganijweko; uwamurenganije na we niyaramuka asubiriye kandi kumurenganya; mu vy'ukuri, nta nkeka ko Imana Allah Izotabara uwurenganijwe azira ko yihoye yivuna akarenganyo. Mu vy'ukuri, nta nkeka ko Imana Allah ari Nyenuguhariribicumuro, Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya.

۞ ذَٰلِكَ ۖ وَمَنْ عَاقَبَ بِمِثْلِ مَا عُوقِبَ بِهِۦ ثُمَّ بُغِىَ عَلَيْهِ لَيَنصُرَنَّهُ ٱللَّهُ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَعَفُوٌّ غَفُورٌ ﴿٦٠﴾

61. Uwubashingira ingingo zitunganye ni Imana Allah, ni na Yo mukwiye kumenya ko Yinjiza igice c'ijoro mu murango, maze umurango ukaba muremure; Ikinjiza igice

ذَٰلِكَ بِأَنَّ ٱللَّهَ يُولِجُ ٱلَّيْلَ فِى ٱلنَّهَارِ وَيُولِجُ ٱلنَّهَارَ فِى ٱلَّيْلِ وَأَنَّ ٱللَّهَ سَمِيعٌۢ بَصِيرٌ ﴿٦١﴾

c'umurango mw'ijoro, maze ijoro rikaba rirerire; Ikaba ari na Yo Nyenukwumva, Irumva ibivugwa; Nyenukubona, Irabona neza ibikorwa n'ibiremwa.

ذَٰلِكَ بِأَنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلْحَقُّ وَأَنَّ مَا يَدْعُونَ مِن دُونِهِۦ هُوَ ٱلْبَٰطِلُ وَأَنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلْعَلِيُّ ٱلْكَبِيرُ ﴿٦٢﴾

62. Ivyo biri ukwo rero, kuko mu vy'ukuri Allah ari Yo Mana y'ukuri Ibwirijwe gusengwa, n'uko ibigirwamana ababangikanyamana basenga mu gishingo cayo ari irementanya, n'uko kandi Imana Allah ari Yo Nyenicubahiro-ntangere, Nyenubukuru.

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ أَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَتُصْبِحُ ٱلْأَرْضُ مُخْضَرَّةً ۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَطِيفٌ خَبِيرٌ ﴿٦٣﴾

63. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwabonye ko Imana Allah Yatumye hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, maze isi igatotahara, igasa n'urwatsi rubisi! Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Rumenyi-Rudahishwa, Irazi neza ibintu vy'ingirakamaro ku biremwa, Muhetuziwavyose;

لَّهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ۚ وَإِنَّ ٱللَّهَ لَهُوَ ٱلْغَنِىُّ ٱلْحَمِيدُ ﴿٦٤﴾

64. Ni Yo Mugabe Igaba Ikaganza ibintu vyose biri mu majuru n'ibiri mw'isi hamwe n'ibiri hagati yavyo. Mu vy'ukuri, ni na Yo Uwikenuye Yikenuye muri vyose, Nyenugushimwa, Ishimwa ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo mu bihe vyose.

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ سَخَّرَ لَكُم مَّا فِى ٱلْأَرْضِ وَٱلْفُلْكَ تَجْرِى فِى ٱلْبَحْرِ بِأَمْرِهِۦ وَيُمْسِكُ ٱلسَّمَآءَ أَن تَقَعَ عَلَى ٱلْأَرْضِ إِلَّا بِإِذْنِهِۦٓ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ بِٱلنَّاسِ لَرَءُوفٌ رَّحِيمٌ ﴿٦٥﴾

65. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwabonye ko Imana Allah Yabashoboje kwikora ku biri mw'isi[1], Ikabashoboza no kugendera mu bwato bureremba mu mazi mw'ibahari ku bushobozi n'ububasha vyayo[2], Ikagumya n'ijuru kugira ntirigwe kw'isi ngo ribahonye kiretse ku bubasha bwayo! Mu vy'ukuri, nta nkeka ko Imana Allah ku bantu, ari Nyenikigongwe, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَهُوَ ٱلَّذِىٓ أَحْيَاكُمْ ثُمَّ يُمِيتُكُمْ ثُمَّ يُحْيِيكُمْ ۗ إِنَّ ٱلْإِنسَٰنَ لَكَفُورٌ ﴿٦٦﴾

66. Ni na Yo Yabahaye ubuzima mu kubarema ata co Ifatiyeko, hanyuma Ibaka nya buzima hageze gupfa, mu nyuma Izobasubiza ubuzima ku musi w'izuka, muheze muzuke kugira muharurirwe ku vyo mwakoze. Mu vy'ukuri, nta nkeka ko umuntu yama yagararije mu guhakana yivuye inyuma ivyemezo vyerekana ubushobozi, ububasha n'isengwa vy'Imana Imwe Rudende Allah.

لِكُلِّ أُمَّةٍ جَعَلْنَا مَنسَكًا هُمْ نَاسِكُوهُ ۖ فَلَا يُنَٰزِعُنَّكَ فِى ٱلْأَمْرِ ۘ وَٱدْعُ إِلَىٰ رَبِّكَ ۖ إِنَّكَ لَعَلَىٰ هُدًى مُّسْتَقِيمٍ ﴿٦٧﴾

67. Umugwi wose mu migwi y'ab'aho hambere rero, Twebwe Allah Twawushingiye amabwirizwa n'uburyo bw'igamburukiramana wategerezwa kwubahiriza.

Ntumwa y'Imana! Kubera ivyo rero, ababangikanyamana ntibakakwiganzeko ku mabwirizwa wahawe, no mu bikorwa vyawe vy'igamburukiramana Twagushingiye. Shishikara nyabuna kurarikira abantu isengwa ry'Imana yawe Rurema Allah n'iy'ubahirizwa ry'amabwirizwa yayo, mu vy'ukuri nta nkeka ko wewe uri ku burongozi bw'idini rigororotse.

---

[1] Ibinyabuzima bigendagenda kuri yo, ibitungwa, ivyimeza, ibiterwa, ivyamwa n'imboga, n'ibindi; hamwe rero n'ibitari ibinyabuzima. Ivyo vyose rero Ikaba Yabiremye ku neza yanyu.

[2] Maze nya bwato bukabunguruza mwebwe hamwe n'ivyo mutwaye, bukabashikana aho hose mushaka.

68. Abagarariji nibaguma baguhaririza ku vyo ubararikira kwubahiriza, ntuzoje mu mpari namba, uraheza ubabwire uti: “Imana Allah Irazi neza ivyo mukora mu ntumbero yo gutsimbatara kw’igarariza;

وَإِن جَٰدَلُوكَ فَقُلِ ٱللَّهُ أَعۡلَمُ بِمَا تَعۡمَلُونَ ٦٨

69. Imana Allah, ku musi w’izuka, Izoheza Ibacire urutunganye rugaragaza ukuri hagati y’abemeramana n’abagarariji ku vyo mwahora muhazanako mw’idini[1]".

ٱللَّهُ يَحۡكُمُ بَيۡنَكُمۡ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ فِيمَا كُنتُمۡ فِيهِ تَخۡتَلِفُونَ ٦٩

70. Ntumwa y’Imana! Mbega ntiwamenye ko Imana Allah Izi neza ibiri mw’ijuru no mw’isi! Mu vy’ukuri, ubumenyi bw’ivyo vyose bwanditswe mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n’ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudhw". Mu vy’ukuri, ubumenyi bw’ivyo vyose rero buroroshe ku Mana Allah nta kiyisoba.

أَلَمۡ تَعۡلَمۡ أَنَّ ٱللَّهَ يَعۡلَمُ مَا فِي ٱلسَّمَآءِ وَٱلۡأَرۡضِۗ إِنَّ ذَٰلِكَ فِي كِتَٰبٍۚ إِنَّ ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ يَسِيرٞ ٧٠

71. Abagarariji babandanya kubangikanya Imana Allah, mu gusenga mu gishingo cayo ibigirwamana, ata na hamwe Imana Allah Yigeze Imanura mu Gitabu icemeza c’uko nya bigirwamana bikwiye gusengwa, eka nta n’ubumenyi bafise bwokwemeza isengwa ryavyo, kuko bapfuye gusa gukurikira ivyo ba se basenga. Burya abirenganya mw’ibangikanyamana, nta mutabazi bazoronka mu buzima bw’inyuma yo gupfa, azobakingira ibihano canke ngo abarwaneko.

وَيَعۡبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَا لَمۡ يُنَزِّلۡ بِهِۦ سُلۡطَٰنٗا وَمَا لَيۡسَ لَهُم بِهِۦ عِلۡمٞۗ وَمَا لِلظَّٰلِمِينَ مِن نَّصِيرٖ ٧١

72. N’iyo abagarariji basomewe Aayah zacu za Qor’ani, ushoka ubona banyinyiriwe n’ishavu n’akantu mu maso, bagahakwa gusimbira ku bemeramana babararikira ukwemera Imana Imwe Rudende Allah bakanabasomera nya Aayah zacu. Ntumwa y’Imana! Vuga uti: “Mbega ndabiganire inkuru yobashavuza gusumba ukuntu mushavuzwa n’isomwa rya Aayah za Qor’ani n’irarika ry’abemeramana! Ni umuriro Imana Allah Yasezeraniye abagarariji mu buzima bw’inyuma yo gupfa, ni na yo maherezo mabi cane”.

وَإِذَا تُتۡلَىٰ عَلَيۡهِمۡ ءَايَٰتُنَا بَيِّنَٰتٖ تَعۡرِفُ فِي وُجُوهِ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ ٱلۡمُنكَرَۖ يَكَادُونَ يَسۡطُونَ بِٱلَّذِينَ يَتۡلُونَ عَلَيۡهِمۡ ءَايَٰتِنَاۗ قُلۡ أَفَأُنَبِّئُكُم بِشَرّٖ مِّن ذَٰلِكُمُۚ ٱلنَّارُ وَعَدَهَا ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْۖ وَبِئۡسَ ٱلۡمَصِيرُ ٧٢

73. Emwe bantu! Mwaraciriwe agace, nimutege amatwi rero mukumvirize mwongere mukazirikane. Mu vy’ukuri, ibigirwamana musenga mu gishingo c’Imana Allah, ntibizopfa bishoboye kurema n’isazi imwe gusa n’aho vyogira urunani, nkeswe rero kurema igisumba isazi! No mu gihe isazi yogira ico yihagiye mu kununuza kimwe mu vyatanzweko ikimazi ku bigirwamana, nya bigirwamana ntivyoshobora kuyaka ico yihagiye. Ibigirwamana rero, nta na kimwe bishoboye kuko ata bubasha bwo kurema bifise, eka ntibinafise n’ububasha bwo guhabuza ivyo isazi yihagiye, bitayeko n’isazi ubwayo nyene nta co ishoboye.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ ضُرِبَ مَثَلٞ فَٱسۡتَمِعُواْ لَهُۥٓۚ إِنَّ ٱلَّذِينَ تَدۡعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ لَن يَخۡلُقُواْ ذُبَابٗا وَلَوِ ٱجۡتَمَعُواْ لَهُۥۖ وَإِن يَسۡلُبۡهُمُ ٱلذُّبَابُ شَيۡـٔٗا لَّا يَسۡتَنقِذُوهُ مِنۡهُۚ ضَعُفَ ٱلطَّالِبُ وَٱلۡمَطۡلُوبُ ٧٣

[1] Iyi Aayah yigisha urupfasoni rwo kwishura uwuharira mu ntumbero yo gutebura no kugarariza.

74. Ababangikanyamana ntibahaye namba Imana Allah icubahiro kiyikwiye mu kuyibangikanya n'ibiremwa, mu vy'ukuri Imana Allah ni Nyeninguvu, Nyenintsinzi-Mutaneshwa.

مَا قَدَرُواْ ٱللَّهَ حَقَّ قَدۡرِهِۦٓ إِنَّ ٱللَّهَ لَقَوِيٌّ عَزِيزٌ ﴿٧٤﴾

75. Imana Allah, Ihitamwo mu bamalayika intumwa Irungika ku Bavugishwamana, Igahitamwo no mu bantu Intumwa Ibarungikira kugira zibashikirize ubutumwa bwayo, mu vy'ukuri Imana Allah ni Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'ibiremwa; Nyenukubona, Irabona neza abo Ihitamwo ngo bashikirize ubutumwa bwayo ku biremwa;

ٱللَّهُ يَصۡطَفِي مِنَ ٱلۡمَلَٰٓئِكَةِ رُسُلٗا وَمِنَ ٱلنَّاسِۚ إِنَّ ٱللَّهَ سَمِيعُۢ بَصِيرٞ ﴿٧٥﴾

75. Imana Allah, Ihitamwo mu bamalayika intumwa Irungika ku Bavugishwamana, Igahitamwo no mu bantu Intumwa Ibarungikira kugira zibashikirize ubutumwa bwayo, mu vy'ukuri Imana Allah ni Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'ibiremwa; Nyenukubona, Irabona neza abo Ihitamwo ngo bashikirize ubutumwa bwayo ku biremwa;

ٱللَّهُ يَصۡطَفِي مِنَ ٱلۡمَلَٰٓئِكَةِ رُسُلٗا وَمِنَ ٱلنَّاسِۚ إِنَّ ٱللَّهَ سَمِيعُۢ بَصِيرٞ ﴿٧٥﴾

76. Irazi neza ibikorwa vy'abamalayika n'ivy'Intumwa, imbere y'iremwa ryavyo, Irazi neza n'inkuru ya kazoza kavyo bimaze gupfa. Ni no kuri Yo rero, ibintu vyose bizosubizwa.

يَعۡلَمُ مَا بَيۡنَ أَيۡدِيهِمۡ وَمَا خَلۡفَهُمۡۚ وَإِلَى ٱللَّهِ تُرۡجَعُ ٱلۡأُمُورُ ﴿٧٦﴾

77. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)! Nimwuname munubame mu gihe muriko murasenga, mwongere mwiyegereze Imana yanyu Rurema Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, muheze mukore n'ivyiza kugira muronke intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa[1];

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱرۡكَعُواْ وَٱسۡجُدُواْ وَٱعۡبُدُواْ رَبَّكُمۡ وَٱفۡعَلُواْ ٱلۡخَيۡرَ لَعَلَّكُمۡ تُفۡلِحُونَ ﴿٧٧﴾

78. Mwitange bikwiye kandi mu guharanira no mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah murarikira abantu kuyemera; ni Yo Yabatoye kuba abashikirizabutumwa b'idini ryayo, kandi ntiyigeze Ibashingira amabwirizwa arimwo amananiza ashingiye kw'idadika no ku kutagira isaganirizo mu kuyubahiriza mw'idini; idini rya so wanyu Ibrahimu ry'ubwislamu rishingiye ku kwemera-ndemanwa, Imana Allah ni Yo Yabise abislamu n'imbere yuko hamanurwa Qor'ani mu Bitabu vy'aho hambere; Ibita abislamu no muri iyi Qor'ani nyene kugira Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ibe icabona kibagiriza ko yabashikirije ubutumwa bw'Imana Allah, na mwe muheze mube ivyabona vyagiriza abantu bo hambere yanyu, ko Intumwa barungikiwe zabashikirije koko ubutumwa bw'Imana Allah. Kubera ivyo rero, nimushimire Imana Allah, muheze mutsimbataze

وَجَٰهِدُواْ فِي ٱللَّهِ حَقَّ جِهَادِهِۦۖ هُوَ ٱجۡتَبَىٰكُمۡ وَمَا جَعَلَ عَلَيۡكُمۡ فِي ٱلدِّينِ مِنۡ حَرَجٖۚ مِّلَّةَ أَبِيكُمۡ إِبۡرَٰهِيمَۚ هُوَ سَمَّىٰكُمُ ٱلۡمُسۡلِمِينَ مِن قَبۡلُ وَفِي هَٰذَا لِيَكُونَ ٱلرَّسُولُ شَهِيدًا عَلَيۡكُمۡ وَتَكُونُواْ شُهَدَآءَ عَلَى ٱلنَّاسِۚ فَأَقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتُواْ ٱلزَّكَوٰةَ وَٱعۡتَصِمُواْ بِٱللَّهِ هُوَ مَوۡلَىٰكُمۡۖ فَنِعۡمَ ٱلۡمَوۡلَىٰ وَنِعۡمَ ٱلنَّصِيرُ ﴿٧٨﴾

[1] Iyo uriko urasoma, ugeze ku mpera y'iyi Aayah uca wubama.

amasengesho akwije ibisabwa, mutange n'ishikanwa-bwirizwa, mwongere mwishimikize koko Imana Allah kuko ari Yo Muhagarikizi wanyu Nkinzoyabatoni. Irakaba rero Nkinzoyabatoni, Umwiza w'abahagarikizi bose, Irakaba n'Umwiza w'abatabazi mu kunesha abansi bayo.

23. Al-Mu-minuuna (Abemeramana)
Aayah 118, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Ni ukuri, abemeramana koko baramaze kuronka intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa;	قَدْ أَفْلَحَ ٱلْمُؤْمِنُونَ ۝١
2. Abagumiza umutima mu nda bagatururuza n'ibihimba vyabo mu masengesho;	ٱلَّذِينَ هُمْ فِى صَلَاتِهِمْ خَٰشِعُونَ ۝٢
3. Bakirengagiza amajambo n'ibikorwa vy'imburakimazi;	وَٱلَّذِينَ هُمْ عَنِ ٱللَّغْوِ مُعْرِضُونَ ۝٣
4. Bakeza n'imitima n'amatungo vyabo mu gutanga ishikanwa-bwirizwa;	وَٱلَّذِينَ هُمْ لِلزَّكَوٰةِ فَٰعِلُونَ ۝٤
5. Bagacungera n'ubwambure bwabo mu kudasambana[1];	وَٱلَّذِينَ هُمْ لِفُرُوجِهِمْ حَٰفِظُونَ ۝٥
6. Kiretse ku bakenyezi babo canke abo bagaba mu ncoreke, kuri abo nta kibi kiri mu kubabira n'ibindi bijanye no kwabira;	إِلَّا عَلَىٰٓ أَزْوَٰجِهِمْ أَوْ مَا مَلَكَتْ أَيْمَٰنُهُمْ فَإِنَّهُمْ غَيْرُ مَلُومِينَ ۝٦
7. Uwuzorondera kuryoherwa ku batari abo, uyo azoba ari mu barenze imbibe z'ibirekuwe agatandukira ibizira, azoba yikwegeye ibihano n'ishavu vy'Imana Allah;	فَمَنِ ٱبْتَغَىٰ وَرَآءَ ذَٰلِكَ فَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْعَادُونَ ۝٧
8. Abitwararika nantaryo gucungera imbitso baragijwe no kwubahiriza amasezerano biyemeje;	وَٱلَّذِينَ هُمْ لِأَمَٰنَٰتِهِمْ وَعَهْدِهِمْ رَٰعُونَ ۝٨
9. Abatsimbataza amasengesho mu gihe cose no ku mwanya wayo, bakayasenga nk'uko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yayasenga;	وَٱلَّذِينَ هُمْ عَلَىٰ صَلَوَٰتِهِمْ يُحَافِظُونَ ۝٩
10. Abo ni bo rero ba samuragwa b'Ubwami bw'ijuru;	أُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْوَٰرِثُونَ ۝١٠
11. Bazotorana Ubwami bw'ijuru ry'iteka rya Firdawsi, bazobubamwo ibihe bidahera.	ٱلَّذِينَ يَرِثُونَ ٱلْفِرْدَوْسَ هُمْ فِيهَا خَٰلِدُونَ ۝١١
12. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaremye Adamu mu ruvange rw'ivu;	وَلَقَدْ خَلَقْنَا ٱلْإِنسَٰنَ مِن سُلَٰلَةٍ مِّن طِينٍ ۝١٢
13. Hanyuma Turema abamukomotseko mu buryo bwo kurondoka mw'ima ry'intanga riva mu ruti rw'umugongo w'umugabo, rigaturura mu gitereko c'umugore;	ثُمَّ جَعَلْنَٰهُ نُطْفَةً فِى قَرَارٍ مَّكِينٍ ۝١٣

[1] Ukudasambana ni ukutipfuza guhuza ibitsina ku babisangiye canke ku batabisangiye, n'ibindi bibi bijanye n'ubusambanyi.

14. Hanyuma Turema muri nya ma ry'intanga igihimba c'amaraso avuze, maze Turema muri nya gihimba c'amaraso avuze, akamanyu k'inyama inyuma y'ikiringo c'imisi mirongo ine; Duca Turema amagufa muri nya kamanyu, Turaheza rero Tuyambika inyama, mu nyuma rero Turaheza Duha nya kiremwa iyindi ndemo mu kugihuhiramwo inkomoko y'ubuzima "Roho", kigaheza kikavuka ari kizima. Harakubahwa rero Imana Allah Yahaye ikintu cose indemo nziza ikibereye.

ثُمَّ خَلَقْنَا ٱلنُّطْفَةَ عَلَقَةً فَخَلَقْنَا ٱلْعَلَقَةَ مُضْغَةً فَخَلَقْنَا ٱلْمُضْغَةَ عِظَٰمًا فَكَسَوْنَا ٱلْعِظَٰمَ لَحْمًا ثُمَّ أَنشَأْنَٰهُ خَلْقًا ءَاخَرَ ۚ فَتَبَارَكَ ٱللَّهُ أَحْسَنُ ٱلْخَٰلِقِينَ ﴿١٤﴾

15. Bantu! Mu vy'ukuri rero, no kubaho kwanyu kwose ubuzima bwanyu bwo kw'isi, hari ugupfa mu nyuma, nta gisivya urwanyu rushitse muzopfa.

ثُمَّ إِنَّكُم بَعْدَ ذَٰلِكَ لَمَيِّتُونَ ﴿١٥﴾

16. Hanyuma mu vy'ukuri ga bantu! Umuhero w'isi niwagera mugahona, ku musi w'izuka muzosubizwa ubuzima kandi muzuke, kugira muharurirwe muheze muhemberwe ivyo mwakoze.

ثُمَّ إِنَّكُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ تُبْعَثُونَ ﴿١٦﴾

17. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaranaremye amajuru indwi agerekeranye hejuru yanyu, kandi ntivyigeze bishika ngo Tugotwe canke ngo Twibagire iremwa ry'ikintu na kimwe.

وَلَقَدْ خَلَقْنَا فَوْقَكُمْ سَبْعَ طَرَآئِقَ وَمَا كُنَّا عَنِ ٱلْخَلْقِ غَٰفِلِينَ ﴿١٧﴾

18. Twaranatumye hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere ku rugero rukenewe, Turaheza Tuziganya amazi ya nya mvura mw'isi. Mu vy'ukuri, Turanashoboye kandi no gukamya nya mazi akagenda amazimayongo.

وَأَنزَلْنَا مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءًۢ بِقَدَرٍ فَأَسْكَنَّٰهُ فِى ٱلْأَرْضِ ۖ وَإِنَّا عَلَىٰ ذَهَابٍۭ بِهِۦ لَقَٰدِرُونَ ﴿١٨﴾

19. Hakoreshejwe nya mazi rero, Turaheza Tukabagirira imirima itotahaye y'itende n'imizabibu, maze mugasarura muri nya mirima ivyamwa vyinshi bitandukanye ibara n'indemo, mugaheza mukanabifungurako;

فَأَنشَأْنَا لَكُم بِهِۦ جَنَّٰتٍ مِّن نَّخِيلٍ وَأَعْنَٰبٍ لَّكُمْ فِيهَا فَوَٰكِهُ كَثِيرَةٌ وَمِنْهَا تَأْكُلُونَ ﴿١٩﴾

20. Tukanabamereshereza n'igiti c'Umuzayituni kimera canecane hambavu y'umusozi wa Sinayi, mu vyamwa vyaco rero haraheza hagahingurwamwo amavuta abantu bisiga bakanayafungura.

وَشَجَرَةً تَخْرُجُ مِن طُورِ سَيْنَآءَ تَنۢبُتُ بِٱلدُّهْنِ وَصِبْغٍ لِّلْءَاكِلِينَ ﴿٢٠﴾

21. Bantu! Mu vy'ukuri, murafise mw'iremwa ry'ibitungwa[1] inkebuzo yotuma mwikebuka, Tubanywesha mu biri mu nda yavyo amata, muranafise kuri ivyo bitungwa ibintu vyinshi ngirakamaro mwikorako; nk'ubwoya, insato n'ibindi, muranafungura n'inyama zavyo;

وَإِنَّ لَكُمْ فِى ٱلْأَنْعَٰمِ لَعِبْرَةً ۖ نُّسْقِيكُم مِّمَّا فِى بُطُونِهَا وَلَكُمْ فِيهَا مَنَٰفِعُ كَثِيرَةٌ وَمِنْهَا تَأْكُلُونَ ﴿٢١﴾

22. Mukaniyunguruza mwebwe hamwe n'ivyanyu ku ngamiya no mu bwato.

وَعَلَيْهَا وَعَلَى ٱلْفُلْكِ تُحْمَلُونَ ﴿٢٢﴾

23. Ni ukuri Twebwe Allah, Twararungitse Nuhu ku bantu biwe, ababwira ati: "Bantu banje! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana mufise ikwiye

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَا نُوحًا إِلَىٰ قَوْمِهِۦ فَقَالَ يَٰقَوْمِ ٱعْبُدُوا۟ ٱللَّهَ مَا لَكُم مِّنْ إِلَٰهٍ غَيْرُهُۥٓ ۖ أَفَلَا تَتَّقُونَ ﴿٢٣﴾

[1] Ibitungwa, ni ingamiya, inka n'intungwa (an'aam).

gusengwa atari Yo. Ubwo ntimwotinya ibihano vy'Imana Allah, mugaheza mukubahiriza amabwirizwa yayo!".

فَقَالَ ٱلْمَلَؤُا۟ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ مِن قَوْمِهِۦ مَا هَٰذَآ إِلَّا بَشَرٌ مِّثْلُكُمْ يُرِيدُ أَن يَتَفَضَّلَ عَلَيْكُمْ وَلَوْ شَآءَ ٱللَّهُ لَأَنزَلَ مَلَٰٓئِكَةً مَّا سَمِعْنَا بِهَٰذَا فِىٓ ءَابَآئِنَا ٱلْأَوَّلِينَ ﴿٢٤﴾

24. Indongozi z'abagararije mu bantu ba Nuhu, zarahakanye zivuye inyuma zibwira abantu bazo ziti: "Burya Nuhu abararikira kwemera Imana Imwe Rudende, si ikindi kiretse ko ari umuntu asanzwe nkamwe, ashaka gusa ko mumwubaha mukamwumvira. N'iyo Imana Allah Ishaka kuturungikira koko Intumwa, Yari kurungika Intumwa ivuye mu bamalayika, eka ntitwigeze twumva ivyo aturarikira ku bavyeyi bacu b'aho hambere;

إِنْ هُوَ إِلَّا رَجُلٌۢ بِهِۦ جِنَّةٌ فَتَرَبَّصُوا۟ بِهِۦ حَتَّىٰ حِينٍ ﴿٢٥﴾

25. Uyu Nuhu rero, si ikindi kiretse ko ari umukehabwenge. Kubera ivyo rero, enda nimumuhe akanya gato gushika agarure akenge, aheze areke kwigira Intumwa, canke mumutege imisi apfe mumuruhuke".

قَالَ رَبِّ ٱنصُرْنِى بِمَا كَذَّبُونِ ﴿٢٦﴾

26. Nuhu yavuze atakambira Imana Allah ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ntabara kw'ihakana ry'abantu banje, kuko bamirira kure ubutumwa bwawe ndabashikiriza".

فَأَوْحَيْنَآ إِلَيْهِ أَنِ ٱصْنَعِ ٱلْفُلْكَ بِأَعْيُنِنَا وَوَحْيِنَا فَإِذَا جَآءَ أَمْرُنَا وَفَارَ ٱلتَّنُّورُ فَٱسْلُكْ فِيهَا مِن كُلٍّ زَوْجَيْنِ ٱثْنَيْنِ وَأَهْلَكَ إِلَّا مَن سَبَقَ عَلَيْهِ ٱلْقَوْلُ مِنْهُمْ ۖ وَلَا تُخَٰطِبْنِى فِى ٱلَّذِينَ ظَلَمُوٓا۟ ۖ إِنَّهُم مُّغْرَقُونَ ﴿٢٧﴾

27. Ni ho rero Twebwe Allah, Twahishurira Nuhu Tukamubwira Duti: "Baza kw'itegeko ryacu ubwato ku mugaragaro, aho Twebwe Allah Tubona n'amaso yacu kuko ukingiwe. Igihe itegeko ryacu ryo kubahonya ryageze, maze hakaboneka imbizi izananye mw'ifuru, uraheza ushire mu bwato igitsina-gabo n'igitsina-gore kuri buri bwoko bwose bw'ibiremwa, wongere ushiremwo n'umuryango wawe, kiretse umugore wawe n'umuhungu wawe bamaze kwagirwa n'ibihano, kandi ntuhirahire ngo unsabe ko notenyenya guhana abirenganije, kuko mu vy'ukuri bazotwarwa n'isegenya.

فَإِذَا ٱسْتَوَيْتَ أَنتَ وَمَن مَّعَكَ عَلَى ٱلْفُلْكِ فَقُلِ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ ٱلَّذِى نَجَّىٰنَا مِنَ ٱلْقَوْمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٢٨﴾

28. Niwamara kwurira mu bwato wewe hamwe n'abo muri kumwe, uraheza uvuge uti: "Nihashimagizwe Imana Allah Yo Yaturokoye, Ikadukura mu bantu birenganije mw'igarariza";

وَقُل رَّبِّ أَنزِلْنِى مُنزَلًا مُّبَارَكًا وَأَنتَ خَيْرُ ٱلْمُنزِلِينَ ﴿٢٩﴾

29. Niwururuka muri nya bwato naho nyene wongere uvuge uti: "Mana yanje Rurema Allah! Mpa ubwururuko buhezagiwe butekanisha, kuko ari Wewe Umwiza w'abakira mw'iteka n'itekane[1]".

إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ وَإِن كُنَّا لَمُبْتَلِينَ ﴿٣٠﴾

30. Mu vy'ukuri, muri ukwo kurokora abemeramana no guhonya abagarariji, ni ukuri harimwo ivyemezo vyerekana ukuri kw'Intumwa ku vyo zashikirije, Twategerezwa rero no kugerageza koko abantu kw'irungikwa ry'Intumwa imbere yuko bashikirwa n'ibihano.

[1] Muri iyi Aayah, Imana Allah Yigisha abaja bayo mu gihe bururukiye ahantu ko bovuga bati: "RABBI ANZILNII MUNZALAN MUBAARAKAN WA-ANTA KHAYRU L-MUNZILIINA".

31. Mu nyuma y'abantu ba Nuhu rero, Twagize uwundi mugwi wa Bene Aadi.

ثُمَّ أَنشَأْنَا مِنۢ بَعْدِهِمْ قَرْنًا ءَاخَرِينَ ﴿٣١﴾

32. Turaheza Turungikira Bene Aadi Intumwa Huudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ivuye muri bo, iraheza ibabwira iti: "Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo. Ubwo ntimwotinya ibihano vy'Imana Allah mugaheza mukubahiriza amabwirizwa yayo!".

فَأَرْسَلْنَا فِيهِمْ رَسُولًا مِّنْهُمْ أَنِ ٱعْبُدُوا۟ ٱللَّهَ مَا لَكُم مِّنْ إِلَٰهٍ غَيْرُهُۥٓ ۖ أَفَلَا تَتَّقُونَ ﴿٣٢﴾

33. Mu bantu ba Huudi, indongozi z'abamugararije bakanahakana bivuye inyuma n'ubuzima bw'inyuma yo gupfa, zikaba zatewe amanyama n'uko Twazihaye ukworoherwa mu buzima bwo kw'isi, zavuze ziti: "Burya Huudi, abararikira kwemera Imana Imwe Rudende, si ikindi kiretse ko ari umuntu nkamwe; afungura ku vyo na mwe mufungura, akanywa ku vyo na mwe munywa;

وَقَالَ ٱلْمَلَأُ مِن قَوْمِهِ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَكَذَّبُوا۟ بِلِقَآءِ ٱلْءَاخِرَةِ وَأَتْرَفْنَٰهُمْ فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا مَا هَٰذَآ إِلَّا بَشَرٌ مِّثْلُكُمْ يَأْكُلُ مِمَّا تَأْكُلُونَ مِنْهُ وَيَشْرَبُ مِمَّا تَشْرَبُونَ ﴿٣٣﴾

34. Nimwahirahira ngo mwumvire umuntu nkamwe rero, nta nkeka ko mu vy'ukuri muzoba mu bahomvye;

وَلَئِنْ أَطَعْتُم بَشَرًا مِّثْلَكُمْ إِنَّكُمْ إِذًا لَّخَٰسِرُونَ ﴿٣٤﴾

35. Mwokwemera gute ivyo abasezeranira ko nimwapfa mugacika ivu n'amagufa yaboze, muzosubizwa ubuzima mukazuka!

أَيَعِدُكُمْ أَنَّكُمْ إِذَا مِتُّمْ وَكُنتُمْ تُرَابًا وَعِظَٰمًا أَنَّكُم مُّخْرَجُونَ ﴿٣٥﴾

36. Iryo zuka musezeranirwa ko rizobaho inyuma yo gupfa mugacika ivu n'amagufa yaboze, riri kure nk'ukwezi pe!

هَيْهَاتَ هَيْهَاتَ لِمَا تُوعَدُونَ ﴿٣٦﴾

37. Ubuzima dukwiye kubaho ni ubu bwo kw'isi gusa! Abapfa barapfa, hakavuka abandi. Wanguha! Nta buzima tuzosubizwa ngo tuzuke inyuma yo gupfa;

إِنْ هِىَ إِلَّا حَيَاتُنَا ٱلدُّنْيَا نَمُوتُ وَنَحْيَا وَمَا نَحْنُ بِمَبْعُوثِينَ ﴿٣٧﴾

38. Burya Huudi, si ikindi kiretse ko ari umuntu arementaniriza Imana Allah ivyo Itamutumye, eka ntiturota tumwemera namba".

إِنْ هُوَ إِلَّا رَجُلٌ ٱفْتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا وَمَا نَحْنُ لَهُۥ بِمُؤْمِنِينَ ﴿٣٨﴾

39. Huudi yavuze atakambira Imana Allah ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ntabara kw'ihakana ry'abantu banje, kuko bamirira kure ubutumwa bwawe ndabashikiriza".

قَالَ رَبِّ ٱنصُرْنِى بِمَا كَذَّبُونِ ﴿٣٩﴾

40. Imana Allah Iraheza Yishura Huudi Iti: "Vuba bwango, ni ukuri bazoheza bicuze".

قَالَ عَمَّا قَلِيلٍ لَّيُصْبِحُنَّ نَٰدِمِينَ ﴿٤٠﴾

41. Ntibwakeye kabiri, ni ho rero abantu ba Huudi bahitanwa n'ibihano vy'ukuri bihonya, maze Tubagira nk'ivyaciriwe n'inkukura hirya n'ino y'umugende. Haragahona rero abantu birenganije mu kugarariza Intumwa.

فَأَخَذَتْهُمُ ٱلصَّيْحَةُ بِٱلْحَقِّ فَجَعَلْنَٰهُمْ غُثَآءً ۚ فَبُعْدًا لِّلْقَوْمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٤١﴾

42. Mu nyuma y'abantu ba Huudi rero, Twagize iyindi migwi y'abantu barungikiwe Intumwa Luutwi, Shu'ayibu, Ayubu na Yunusu (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah).

ثُمَّ أَنشَأْنَا مِنۢ بَعْدِهِمْ قُرُونًا ءَاخَرِينَ ﴿٤٢﴾

43. Nta mugwi n'umwe rero w'abantu wigeze guhanwa isango ritaragera, eka nta n'uwigeze guhanwa isango ryarenganye.

مَا تَسْبِقُ مِنْ أُمَّةٍ أَجَلَهَا وَمَا يَسْتَـْٔخِرُونَ ﴿٤٣﴾

44. Hanyuma ni ho rero, Twarungikira nya migwi Intumwa zacu zikurakuranwa; igihe cose Intumwa yararikira abo yarungitsweko kwemera Imana Imwe Rudende Allah, barayihakana bivuye inyuma, Tugaca Tubakurikiranya mu kubahonya bagasigara ari akayazwe, Tugaheza Tukabagira iciro ry'umugani ku bakurikiye kugira bikebuke. Haragahona rero abantu batemera Intumwa ngo bazumvire.

ثُمَّ أَرْسَلْنَا رُسُلَنَا تَتْرَا ۖ كُلَّ مَا جَآءَ أُمَّةً رَّسُولُهَا كَذَّبُوهُ ۖ فَأَتْبَعْنَا بَعْضَهُم بَعْضًا وَجَعَلْنَـٰهُمْ أَحَادِيثَ ۚ فَبُعْدًا لِّقَوْمٍ لَّا يُؤْمِنُونَ ﴿٤٤﴾

45. Mu nyuma rero, ni ho Twarungikana Musa na murumunawe Haruna ibitangaro vyacu icenda[1], kugira bibe ivyemezo bitomoye bitsimbataza abemeramana, bibe n'ivyagiriji ku bantu b'ibibegito n'abagarariji;

ثُمَّ أَرْسَلْنَا مُوسَىٰ وَأَخَاهُ هَـٰرُونَ بِـَٔايَـٰتِنَا وَسُلْطَـٰنٍ مُّبِينٍ ﴿٤٥﴾

46. Twabarungitse kwa Firawuni wo muri Misiri n'abunganizi biwe, maze bagira amanyama mu kutemera Musa na murumunawe Haruna, bari n'abantu bihambaza mu gucinyiza abandi;

إِلَىٰ فِرْعَوْنَ وَمَلَإِيْهِۦ فَٱسْتَكْبَرُوا۟ وَكَانُوا۟ قَوْمًا عَالِينَ ﴿٤٦﴾

47. Maze bavuga bati: "Karashize ingani twemere abantu babiri basanzwe nkatwe, kandi abo barungitsweko muri Bene Israyeli ari abashumba bari musi y'amategeko yacu, kandi baca bugufi kuri twebwe!".

فَقَالُوٓا۟ أَنُؤْمِنُ لِبَشَرَيْنِ مِثْلِنَا وَقَوْمُهُمَا لَنَا عَـٰبِدُونَ ﴿٤٧﴾

48. Ni ho rero Firawuni wo muri Misiri n'abunganizi biwe bahakana bivuye inyuma Musa na Haruna, maze Imana Allah Ica Irabahonya mu gusomeshwa nturi.

فَكَذَّبُوهُمَا فَكَانُوا۟ مِنَ ٱلْمُهْلَكِينَ ﴿٤٨﴾

49. Ni ukuri Twebwe Allah, Twahaye Musa Igitabu ca Tawurati kugira Bene Israyeli bacubahirize mu kuba abagororotsi.

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَا مُوسَى ٱلْكِتَـٰبَ لَعَلَّهُمْ يَهْتَدُونَ ﴿٤٩﴾

50. Tugira na Isa mwene Mariyamu hamwe na nyina wiwe igitangaro cerekana ubushobozi n'ububasha vyacu Twebwe Allah, Twaranabakiriye mw'icumbi ku gasozi k'iteka n'itekane, kariko n'imbizi y'amazi atemba.

وَجَعَلْنَا ٱبْنَ مَرْيَمَ وَأُمَّهُۥٓ ءَايَةً وَءَاوَيْنَـٰهُمَآ إِلَىٰ رَبْوَةٍ ذَاتِ قَرَارٍ وَمَعِينٍ ﴿٥٠﴾

51. Emwe Ntumwa z'Imana! Nimufungure mu vyiza bibaryoheye birekuwe, muheze mukore n'ibikorwa vyiza bitegetswe, mu vy'ukuri Jewe Allah, Ndazi neza ivyo mukora vyose, ndi Nyenubumenyikurivyose[2].

يَـٰٓأَيُّهَا ٱلرُّسُلُ كُلُوا۟ مِنَ ٱلطَّيِّبَـٰتِ وَٱعْمَلُوا۟ صَـٰلِحًا ۖ إِنِّى بِمَا تَعْمَلُونَ عَلِيمٌ ﴿٥١﴾

---

[1] Ivyo bitangaro bikaba vyari ibi bikurikira: ihinduka ry'inkoni ikaba inzoka amahanga, gusayangana kw'ikiganza mu gihe agikuye mu kwaha, itera ry'amapfa, ikeha ry'umwimbu w'ivyamwa, itera ry'imyuzurire y'amazi, itera ry'inzige, itera ry'udukoko turya ico cose duhuye na co, itera ry'ibikere bikwiragiye hose n'ihinduka ry'ibinyobwa bigacika amaraso.

[1] Ingingo ivugwa muri iyi Aayah yega Intumwa z'Imana zose hamwe n'abemeramana bazikurikiye. Iyi Aayah kandi iranigisha ko ugufungura mu vyiza biryoshe birekuwe gufasha umuntu kunonokerwa mu gukora ibikorwa vyiza bitegetswe, n'uko gufungura ibibi bizira bitera umuntu amagorwa harimwo no kutemererwa igisabisho.

52. Ntumwa z'Imana! Mu vy'ukuri idini ryanyu, ni idini rimwe ry'ubwislamu ryo kwicisha bugufi no gusenga Imana Imwe Rudende Allah, ni nanje rero Imana yanyu Rurema Allah mukwiye kugamburukira mu kwubahiriza amabwirizwa yanje.

وَإِنَّ هَٰذِهِۦٓ أُمَّتُكُمْ أُمَّةً وَٰحِدَةً وَأَنَا۠ رَبُّكُمْ فَٱتَّقُونِ ﴿٥٢﴾

53. Ariko rero abantu, ni bo bahavuye bicamwo imigwi ha gukurikira idini rimwe ry'ubwislamu bategetswe, gutyo umugwi wose muri yo unezerezwa n'ivyiyumviro vyawo, unebagura ivy'uwundi mugwi[1].

فَتَقَطَّعُوٓا۟ أَمْرَهُم بَيْنَهُمْ زُبُرًا ۖ كُلُّ حِزْبٍۭ بِمَا لَدَيْهِمْ فَرِحُونَ ﴿٥٣﴾

54. Ntumwa y'Imana! Bareke bajuragirike mu bugarariji bwabo bwo ku kubura ico bafata n'ico bareka hagati yo kwemera no guhakana gushika igihe bashikiwe n'ibihano.

فَذَرْهُمْ فِى غَمْرَتِهِمْ حَتَّىٰ حِينٍ ﴿٥٤﴾

55. Mbega abagarariji bibwira ko ivyo Tubaronsa mu matungo n'ibibondo;

أَيَحْسَبُونَ أَنَّمَا نُمِدُّهُم بِهِۦ مِن مَّالٍ وَبَنِينَ ﴿٥٥﴾

56. Tuba Twihutiye kubaha ivyiza bakwiye bakiri kw'isi! Ahubwo nyabuna, Tubaronsa amatungo n'ibibondo kw'igeragezwa kugira barendegere, gutyo Tubakwegere mu bihano bukebuke, ariko nta vyo bumva.

نُسَارِعُ لَهُمْ فِى ٱلْخَيْرَٰتِ ۚ بَل لَّا يَشْعُرُونَ ﴿٥٦﴾

57. Mu vy'ukuri, abatinya guca kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah ku mpungenge zo gutinya ibihano vy'Imana yabo Rurema Allah;

إِنَّ ٱلَّذِينَ هُم مِّنْ خَشْيَةِ رَبِّهِم مُّشْفِقُونَ ﴿٥٧﴾

58. Bakemera na Aayah z'Imana yabo Rurema Allah ziri muri Qor'ani bakanazigendera;

وَٱلَّذِينَ هُم بِـَٔايَٰتِ رَبِّهِمْ يُؤْمِنُونَ ﴿٥٨﴾

59. Batabangikanya Imana yabo Rurema Allah n'ikintu na kimwe, maze bakayisenga ari Imana Imwe Rudende;

وَٱلَّذِينَ هُم بِرَبِّهِمْ لَا يُشْرِكُونَ ﴿٥٩﴾

60. Bakigorera gukora ivyiza bitandukanye, bafise impungenge mu mitima yabo ko vyohava bitemerwa, ngo bibakize ibihano vy'Imana yabo Rurema Allah igihe basubiye kuri Yo, kugira Ibaharurire, Iheze Inabibahembere;

وَٱلَّذِينَ يُؤْتُونَ مَآ ءَاتَوا۟ وَّقُلُوبُهُمْ وَجِلَةٌ أَنَّهُمْ إِلَىٰ رَبِّهِمْ رَٰجِعُونَ ﴿٦٠﴾

61. Abo ni bo rero barangwa koko n'uguhurumbira gukora ivyiza bitandukanye, bakitanganiza no kubikora.

أُو۟لَٰٓئِكَ يُسَٰرِعُونَ فِى ٱلْخَيْرَٰتِ وَهُمْ لَهَا سَٰبِقُونَ ﴿٦١﴾

62. Twebwe Allah, ntitunategeka umuja mu baja bacu kwubahiriza ibirimwo amananiza kuri we, Turanafise n'igitabu canditswemwo ido n'ido y'ibikorwa vy'ibiremwa kizobagiriza vy'ukuri, kandi ntibazorenganywa namba.

وَلَا نُكَلِّفُ نَفْسًا إِلَّا وُسْعَهَا ۖ وَلَدَيْنَا كِتَٰبٌ يَنطِقُ بِٱلْحَقِّ وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ ﴿٦٢﴾

63. Ariko imitima y'abagarariji, iri mu buhuvyi bwo guhakana bivuye inyuma Qor'ani n'amabwirizwa yayo, bafise n'ibindi bikorwa bibi bakora hamwe n'ibangikanyamana bizotuma bakwegerwa mu bihano bukebuke;

بَلْ قُلُوبُهُمْ فِى غَمْرَةٍ مِّنْ هَٰذَا وَلَهُمْ أَعْمَٰلٌ مِّن دُونِ ذَٰلِكَ هُمْ لَهَا عَٰمِلُونَ ﴿٦٣﴾

[1] Iyi Aayah irihaniza cane abantu kwicamwo imigwi mw'idini.

64. Gushika n'aho iyo Dufashe aborohewe mu buzima muri bo Tukabashikura, baca basemerera batakamba, bitabariza;

حَتَّىٰٓ إِذَآ أَخَذۡنَا مُتۡرَفِيهِم بِٱلۡعَذَابِ إِذَا هُمۡ يَجۡـَٔرُونَ ٦٤

65. Maze bagaca babwirana bati: "Nimugeze aho gusemerera, mutakamba mwitabariza kuri uno musi, mu vy'ukuri ntimushobora kwikura mu bihano vy'Imana Allah, eka nta n'uwo muronka abibakurako.

لَا تَجۡـَٔرُواْ ٱلۡيَوۡمَۖ إِنَّكُم مِّنَّا لَا تُنصَرُونَ ٦٥

66. Ni ukuri, mwahora musomerwa Aayah zanje Jewe Allah ziri muri Qor'ani, mugaca muziha umugongo mu kutazumviriza no mu kutazemera ngo muzigendere;

قَدۡ كَانَتۡ ءَايَٰتِي تُتۡلَىٰ عَلَيۡكُمۡ فَكُنتُمۡ عَلَىٰٓ أَعۡقَٰبِكُمۡ تَنكِصُونَ ٦٦

67. Ivyo mukabigira ku manyama n'ubwishime ku bantu, mwigamba ko mutigera muganzwa kuko muri hambavu y'ingoro ntagatifu Al-ka'ba, mugateramira hambavu ya nya ngoro muvuga amajambo mabi adashimisha Imana Allah".

مُسۡتَكۡبِرِينَ بِهِۦ سَٰمِرٗا تَهۡجُرُونَ ٦٧

68. Mbega ntibazirikana Qor'ani ngo bamenye ukuri kwayo, canke babujijwe kuyemera n'ukuba barungikiwe Intumwa n'Igitabu ca Qor'ani, bitigeze birungikirwa ba se b'aho hambere!

أَفَلَمۡ يَدَّبَّرُواْ ٱلۡقَوۡلَ أَمۡ جَآءَهُم مَّا لَمۡ يَأۡتِ ءَابَآءَهُمُ ٱلۡأَوَّلِينَ ٦٨

69. Canke ntibamenye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) barungikiwe, baraheza bayihakana ku kutayimenya!

أَمۡ لَمۡ يَعۡرِفُواْ رَسُولَهُمۡ فَهُمۡ لَهُۥ مُنكِرُونَ ٦٩

70. Canke ku kuba bibwiye ko nya Ntumwa ari umusazi! Nibateshwe bate, ahubwo bahakana iyo Ntumwa kuko yabazaniye Qor'ani n'idini ry'ukuri rishingiye ku gusenga Imana Imwe Rudende Allah, kandi abenshi muri bo banka ukuri ku kubera ishari n'akarenganyo.

أَمۡ يَقُولُونَ بِهِۦ جِنَّةُۢۚ بَلۡ جَآءَهُم بِٱلۡحَقِّ وَأَكۡثَرُهُمۡ لِلۡحَقِّ كَٰرِهُونَ ٧٠

71. Iyo Imana Allah Ibashingira amabwirizwa ahuye n'ivyipfuzo vyabo, nta nkeka ko amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo vyari kwononekara. Ahubwo rero burya Twebwe Allah, Twabazaniye Qor'ani irimwo iteka n'icubahiro vyabo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa nibaba bibuka, hanyuma bagaheza bakavyirengagiza.

وَلَوِ ٱتَّبَعَ ٱلۡحَقُّ أَهۡوَآءَهُمۡ لَفَسَدَتِ ٱلسَّمَٰوَٰتُ وَٱلۡأَرۡضُ وَمَن فِيهِنَّۚ بَلۡ أَتَيۡنَٰهُم بِذِكۡرِهِمۡ فَهُمۡ عَن ذِكۡرِهِم مُّعۡرِضُونَ ٧١

72. Ntumwa y'Imana! Canke boba banse kwemera kuko ubasaba impembo kugira bakwumvire, maze bakabura nya mpembo! Ntibikabe rero ko wobasaba impembo kuko impembo uzeye ku Mana yawe Rurema Allah, ni nziza gusumba, ni Yo Mwiza w'abaronsa ibibeshaho ibiremwa.

أَمۡ تَسۡـَٔلُهُمۡ خَرۡجٗا فَخَرَاجُ رَبِّكَ خَيۡرٞۖ وَهُوَ خَيۡرُ ٱلرَّٰزِقِينَ ٧٢

73. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, nta nkeka ko wewe urarikira abantu warungitsweko mu nzira igororotse y'idini ry'ubwislamu.

وَإِنَّكَ لَتَدۡعُوهُمۡ إِلَىٰ صِرَٰطٖ مُّسۡتَقِيمٖ ٧٣

74. Mu vy'ukuri, abatemera ko hari izurwa ry'ibiremwa kugira biharurirwe ku vyo vyakoze ngo baryitegurire, barazimiye inzira igororotse y'idini ry'ubwislamu.

وَإِنَّ ٱلَّذِينَ لَا يُؤۡمِنُونَ بِٱلۡأٓخِرَةِ عَنِ ٱلصِّرَٰطِ لَنَٰكِبُونَ ٧٤

75. N'iyo rero Twebwe Allah Tubagirira impuhwe Tukabakurako amapfa, nta cari kubuza ko batarendegera mu bugarariji, bajuragirika mu kubura ico bafata n'ico bareka hagati yo kwemera no guhakana.

۞وَلَوْ رَحِمْنَٰهُمْ وَكَشَفْنَا مَا بِهِم مِّن ضُرٍّ لَّلَجُّوا۟ فِى طُغْيَٰنِهِمْ يَعْمَهُونَ ﴿٧٥﴾

76. Ni ukuri, Twarabageraageje mu kubaha ibihano bitandukanye, ntibaheza ngo bicishe bugufi ku Mana yabo Rurema Allah, eka ntibanayitakambiye igihe bashikirwa na nya bihano;

وَلَقَدْ أَخَذْنَٰهُم بِٱلْعَذَابِ فَمَا ٱسْتَكَانُوا۟ لِرَبِّهِمْ وَمَا يَتَضَرَّعُونَ ﴿٧٦﴾

77. Gushika igihe Twabugururiye umuryango w'ibihano bikaze mu buzima bw'inyuma yo gupfa, bagaheza bakihebura muri nya bihano, batagira ayo bacira n'ayo bamira.

حَتَّىٰٓ إِذَا فَتَحْنَا عَلَيْهِم بَابًا ذَا عَذَابٍ شَدِيدٍ إِذَا هُمْ فِيهِ مُبْلِسُونَ ﴿٧٧﴾

78. Bantu! Imana Allah, ni Yo Yabagiriye amatwi kugira mushobore kwumva, Ibagirira n'amaso kugira mushobore kubona, Ibagirira n'imishaha kugira mushobore gutegera muheze mwikebuke. Hamwe n'ivyo vyose rero, mushima gake.

وَهُوَ ٱلَّذِىٓ أَنشَأَ لَكُمُ ٱلسَّمْعَ وَٱلْأَبْصَٰرَ وَٱلْأَفْـِٔدَةَ ۖ قَلِيلًا مَّا تَشْكُرُونَ ﴿٧٨﴾

79. Ni Yo Yabaremye Ibakwiragiza kw'isi, ni no kuri Yo muzokwegeranirizwa ku musi w'izuka kugira muhemberwe ivyo mwakoze; vyaba ivyiza canke ibibi.

وَهُوَ ٱلَّذِى ذَرَأَكُمْ فِى ٱلْأَرْضِ وَإِلَيْهِ تُحْشَرُونَ ﴿٧٩﴾

80. Ni Yo kandi Itanga ubuzima Ikanabwaka, Ikanakurakuranya ijoro n'umurango mw'ibisikanya ryavyo. Mbega none, ntimugira ubwenge ngo mutahure ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, muheze muyisenge ari Imwe Rudende!

وَهُوَ ٱلَّذِى يُحْىِۦ وَيُمِيتُ وَلَهُ ٱخْتِلَٰفُ ٱلَّيْلِ وَٱلنَّهَارِ ۚ أَفَلَا تَعْقِلُونَ ﴿٨٠﴾

81. Ahubwo rero, abagarariji ntibigeze bemera izurwa ry'ibiremwa inyuma yo gupfa, ahubwo barinamuye mu gusubiramwo kuvuga nk'ivyavuzwe n'ab'aho hambere;

بَلْ قَالُوا۟ مِثْلَ مَا قَالَ ٱلْأَوَّلُونَ ﴿٨١﴾

82. Maze bavuga bati: "Burya nitwapfa tugacika ivu n'amagufa mu kuzimu, tuzoheza dusubizwe ubuzima tuzuke koko!

قَالُوٓا۟ أَءِذَا مِتْنَا وَكُنَّا تُرَابًا وَعِظَٰمًا أَءِنَّا لَمَبْعُوثُونَ ﴿٨٢﴾

83. Muhama! Ni ukuri iryo zurwa udusezeraniye, ni ryo n'abavyeyi bacu basezeraniwe aho hambere yacu, nta kuri kwaryo tubona. Iryo sezerano rero, si ikindi kiretse ko ari imigani n'ibitito vy'ab'aho hambere".

لَقَدْ وُعِدْنَا نَحْنُ وَءَابَآؤُنَا هَٰذَا مِن قَبْلُ إِنْ هَٰذَآ إِلَّآ أَسَٰطِيرُ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿٨٣﴾

84. Ntumwa y'Imana! Baza abagarariji ubabwire uti: "None iyi si n'ibiri muri yo, ni nde Rugaba wavyo, nimwaba hari ico muzi koko!".

قُل لِّمَنِ ٱلْأَرْضُ وَمَن فِيهَآ إِن كُنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿٨٤﴾

85. Bazoheza bakwishure bavuga bati: "Rugaba wavyo ni Imana Allah". Uraca ubabwira rero uti: "Ubwo ntimwokwibuka mukameya ko Imana Allah Ishoboye kuzura n'abapfuye!".

سَيَقُولُونَ لِلَّهِ ۚ قُلْ أَفَلَا تَذَكَّرُونَ ﴿٨٥﴾

86. Ntumwa y'Imana! Babaze ubabwire uti: "Ni nde Imana Rurema w'amajuru indwi, Ikaba n'Imana Rurema w'Ubuhangamo buhambaye kuruta ibindi biremwa vyose!".

قُلْ مَن رَّبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ ٱلسَّبْعِ وَرَبُّ ٱلْعَرْشِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٨٦﴾

87. Bazoheza bakwishure bavuga bati: "Rugaba wavyo ni Imana Allah". Uraca ubabwira rero uti: "Ubwo ntimwotinya ibihano vy'Imana Allah iyo muriko murayibangikanya n'ibiremwa!".

سَيَقُولُونَ لِلَّهِ ۚ قُلْ أَفَلَا تَتَّقُونَ ﴿٨٧﴾

88. Ntumwa y'Imana! Babaze ubabwire kandi uti: "Ni nde Agaba Akaganza ibintu vyose mu kubibeshaho, Agatabara uwugize ivyago, ata n'uwushobora gutabara ngo akingire uwundi ibihano n'ivyago Yamugereye nimwaba hari ico muzi koko!".

قُلْ مَنْ بِيَدِهِۦ مَلَكُوتُ كُلِّ شَىْءٍ وَهُوَ يُجِيرُ وَلَا يُجَارُ عَلَيْهِ إِن كُنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿٨٨﴾

89. Bazoheza bakwishure bavuga bati: "Ivyo vyose biganzwa n'Imana Allah". Uraca ubabwira rero uti: "Ni gute none mwihenda mu kudasenga Imana Imwe Rudende Allah no mu kutemera izurwa ry'ibiremwa!".

سَيَقُولُونَ لِلَّهِ ۚ قُلْ فَأَنَّىٰ تُسْحَرُونَ ﴿٨٩﴾

90. Ahubwo rero Twebwe Allah, Twazaniye abahakanyi ukuri mu vyo Twarungikanye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah); mu vy'ukuri abahakanyi, nta nkeka ko banyomoza mw'ibangikanyamana no mw'ihakana ry'izurwa ry'ibiremwa.

بَلْ أَتَيْنَٰهُم بِٱلْحَقِّ وَإِنَّهُمْ لَكَٰذِبُونَ ﴿٩٠﴾

91. Imana Allah, ntiyigeze Yigenera umwana, eka ntiyigeze Igira n'iyindi mana ibangikanya na Yo; iyo rero haba iyindi mana ibangikanije na Yo mu kurema, nta nkeka ko imana imwimwe yose yari kwigungana ibiremwa vyayo, hakaba n'ukwiganza kw'imana imwe ku yindi mu gutunganiriza ibiremwa. Nihaninahazwe rero Imana Allah mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayomekera.

مَا ٱتَّخَذَ ٱللَّهُ مِن وَلَدٍ وَمَا كَانَ مَعَهُۥ مِنْ إِلَٰهٍ ۚ إِذًا لَّذَهَبَ كُلُّ إِلَٰهٍۭ بِمَا خَلَقَ وَلَعَلَا بَعْضُهُمْ عَلَىٰ بَعْضٍ ۚ سُبْحَٰنَ ٱللَّهِ عَمَّا يَصِفُونَ ﴿٩١﴾

92. Ni Yo Rumenyi w'ibintu vyose, Irazi ibinyegeje n'ibiboneka, nihabwe rero icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayibangikanya.

عَٰلِمِ ٱلْغَيْبِ وَٱلشَّهَٰدَةِ فَتَعَٰلَىٰ عَمَّا يُشْرِكُونَ ﴿٩٢﴾

93. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Mana yanje Rurema Allah! Uramutse Unyeretse ibihano Usezeranira ababangikanyamana, ndagusavye ko Wonkingira nya bihano;

قُل رَّبِّ إِمَّا تُرِيَنِّى مَا يُوعَدُونَ ﴿٩٣﴾

94. Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye ntunshire mu bantu birenganya mu kukugarariza, Ugahava Unshavurira".

رَبِّ فَلَا تَجْعَلْنِى فِى ٱلْقَوْمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٩٤﴾

95. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, nta nkeka ko Dushoboye kukwereka ibihano Dusezeranira ababangikanyamana.

وَإِنَّا عَلَىٰٓ أَن نُّرِيَكَ مَا نَعِدُهُمْ لَقَٰدِرُونَ ﴿٩٥﴾

96. Kubera ivyo rero, nihagira uwukugirira nabi mu bansi bawe mu mvugo canke mu ngiro, uraheza wishure nya nabi iciza. Burya Twebwe Allah, Turazi neza na neza ivyo barementanya mw'ibangikanyamana, Tuzobibahembera impera bikwiranye.

ٱدۡفَعۡ بِٱلَّتِي هِيَ أَحۡسَنُ ٱلسَّيِّئَةَۚ نَحۡنُ أَعۡلَمُ بِمَا يَصِفُونَ ٩٦

97. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Mana yanje Rurema Allah! Ndakwikinzeko Unkingire inyoshambi z'amashetani zituma umuntu agenzwa n'ubwononyi akanarwanya n'ukuri;

وَقُل رَّبِّ أَعُوذُ بِكَ مِنۡ هَمَزَٰتِ ٱلشَّيَٰطِينِ ٩٧

98. Ndanakwikinzeko Mana yanje Rurema Allah, Unkingire ko nya mashetani yomvogera mu vyanje".

وَأَعُوذُ بِكَ رَبِّ أَن يَحۡضُرُونِ ٩٨

99. Igihe rero umwe mu babangikanyamana yashikiwe n'urupfu, ari ku mpfiro akabona yugarijwe n'ibihano yasezeraniwe, azovuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ndabasavye ko Mwonsubiza kw'isi;

حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءَ أَحَدَهُمُ ٱلۡمَوۡتُ قَالَ رَبِّ ٱرۡجِعُونِ ٩٩

100. Kumbure hari n'aho nokwemera nkumvira Imana Allah mu gukora ibikorwa vyiza, mu vyo nirengagije gukora!". Eka nateshwe ate aranguha! Ako ni akarimi gusa, ayo ni amajambo avuga atavuye ku mutima; hamwe yoramuka asubijwe kw'isi, nta nkeka ko yokora kandi ivyo yabujijwe. Abamaze gupfa rero, bazitiwe n'uruzitiro "Barzakhi[1]" rutuma badashobora kugaruka kw'isi gushika ku musi w'izuka.

لَعَلِّيٓ أَعۡمَلُ صَٰلِحٗا فِيمَا تَرَكۡتُۚ كَلَّآۚ إِنَّهَا كَلِمَةٌ هُوَ قَآئِلُهَاۖ وَمِن وَرَآئِهِم بَرۡزَخٌ إِلَىٰ يَوۡمِ يُبۡعَثُونَ ١٠٠

101. Igihe rero havugijwe inzamba igira kabiri yo kuzura ibiremwa, kuri uwo musi nta kwihaya ku miryango kuzobaho hagati y'ibiremwa nk'uko vyari kw'isi, eka nta n'uwuzobaza ivya mugenziwe.

فَإِذَا نُفِخَ فِي ٱلصُّورِ فَلَآ أَنسَابَ بَيۡنَهُمۡ يَوۡمَئِذٖ وَلَا يَتَسَآءَلُونَ ١٠١

102. Uwuzogira ivyiza vyinshi, maze umunzane w'ivyiza vyiwe ukaremera igihe c'iharurirwa, azoba rero ari mu bantu baronse intsinzi y'Ubwami bw'ijuru.

فَمَن ثَقُلَتۡ مَوَٰزِينُهُۥ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡمُفۡلِحُونَ ١٠٢

103. Nayo uwuzogira ivyiza biri ku rushi, maze umunzane w'ivyiza vyiwe ugahwahuka igihe c'iharurirwa, uyo rero azoba ari mu bahomvye ubuzima bwabo, bazoba mu muriro wa Jahannamu ibihe bidahera;

وَمَنۡ خَفَّتۡ مَوَٰزِينُهُۥ فَأُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ خَسِرُوٓاْ أَنفُسَهُمۡ فِي جَهَنَّمَ خَٰلِدُونَ ١٠٣

104. Nya muriro uzobababura mu maso, maze banyinyirwe bashinyirize muri wo, amenyo ari hejuru;

تَلۡفَحُ وُجُوهَهُمُ ٱلنَّارُ وَهُمۡ فِيهَا كَٰلِحُونَ ١٠٤

105. Baheze babwirwe bati: "Mbega ntimwahora musomerwa Aayah zanje Jewe Allah mukiri kw'isi mukazihakana mwivuye inyuma!".

أَلَمۡ تَكُنۡ ءَايَٰتِي تُتۡلَىٰ عَلَيۡكُمۡ فَكُنتُم بِهَا تُكَذِّبُونَ ١٠٥

[1] Umuntu uwo ari we wese amaze gupfa agasezera isi, aca azitirirwa mu kuzimu ku buryo adashobora kugaruka kandi mu buzima bwo kw'isi, maze akaguma muri "Barzakhi" mu kurindira isango ryo kuzuka, kugira aharurirwe yongere ahemberwe ivyo yakoze kw'isi.

106. Bazokwishura bavuge bati: “Mana yacu Rurema Allah! Ubugaba bwacu twabutewe no guhurumbira kwacu ibihendamaso vy’isi, twari no mu bantu bahuvye inzira igororotse;

قَالُواْ رَبَّنَا غَلَبَتۡ عَلَيۡنَا شِقۡوَتُنَا وَكُنَّا قَوۡمٗا ضَآلِّينَ ١٠٦

107. Mana yacu Rurema Allah! Turatakamvye Udukure mu muriro, maze Udusubize kw’isi, nitwaramuka dusubiye mu buhuvyi, mu vy’ukuri tuzoba twirenganije koko, dukwiye no guhanwa”.

رَبَّنَآ أَخۡرِجۡنَا مِنۡهَا فَإِنۡ عُدۡنَا فَإِنَّا ظَٰلِمُونَ ١٠٧

108. Imana Allah Izobishura Ibabwire Iti: “Nimugume mu muriro musuzuguritse, nimukazibe ntimunamvugishe namba;

قَالَ ٱخۡسَـُٔواْ فِيهَا وَلَا تُكَلِّمُونِ ١٠٨

109. Umugwi w’abemeramana mu baja banje bahora batakamba bavuga bati: “Mana yacu Rurema Allah! Twaremeye vy’ukuri, Tugumirize akabanga Utubabarire ibicumuro vyacu, Unatugirire impuhwe, burya Wewe ni We Mwiza w’abagirampuhwe bose”;

إِنَّهُۥ كَانَ فَرِيقٞ مِّنۡ عِبَادِي يَقُولُونَ رَبَّنَآ ءَامَنَّا فَٱغۡفِرۡ لَنَا وَٱرۡحَمۡنَا وَأَنتَ خَيۡرُ ٱلرَّٰحِمِينَ ١٠٩

110. Maze muraheza mubateburako gushika n’aho babibagiza kuninahaza no kuntazira, mwahora munabatwenga ku gasuzuguro;

فَٱتَّخَذۡتُمُوهُمۡ سِخۡرِيًّا حَتَّىٰٓ أَنسَوۡكُمۡ ذِكۡرِي وَكُنتُم مِّنۡهُمۡ تَضۡحَكُونَ ١١٠

111. Mu vy’ukuri rero Jewe Allah, kuri uno musi Nahaye uwo mugwi w’abemeramana mu baja banje ku kuntu bihanganye, impera yo kuba ari bo benintsinzi y’Ubwami bw’ijuru”.

إِنِّي جَزَيۡتُهُمُ ٱلۡيَوۡمَ بِمَا صَبَرُوٓاْ أَنَّهُمۡ هُمُ ٱلۡفَآئِزُونَ ١١١

112. Ibigaba biri mu muriro bizoheza bibazwe biti: “Mwabaye kw’isi imyaka ingana iki! Mwirengagije kangahe gukora ibikorwa vyiza!”.

قَٰلَ كَمۡ لَبِثۡتُمۡ فِي ٱلۡأَرۡضِ عَدَدَ سِنِينَ ١١٢

113. Nya bigaba bizokwishura biti: “Twabaye kw’isi umusi umwe gusa canke igice cawo! Baza n’abazi guharura neza, barashobora kwemeza ivyo tuvuze!”.

قَالُواْ لَبِثۡنَا يَوۡمًا أَوۡ بَعۡضَ يَوۡمٖ فَسۡـَٔلِ ٱلۡعَآدِّينَ ١١٣

114. Bizokwishurwa biti: “Burya ntimwabaye kw’isi kiretse akanya gato, iyo rero mubimenya mukihanganira igamburukiramana muri ako kanya gato, mwari gutsindira Ubwami bw’ijuru”.

قَٰلَ إِن لَّبِثۡتُمۡ إِلَّا قَلِيلٗاۖ لَّوۡ أَنَّكُمۡ كُنتُمۡ تَعۡلَمُونَ ١١٤

115. Mbega bantu! Mwiyumvira ko Twebwe Allah Twabaremye mu gufyina ata ntumbero Tubafiseko; n’uko mutazosubizwa iwacu mu buzima bw’inyuma yo gupfa, kugira Tubahembere ivyo mwakoze!

أَفَحَسِبۡتُمۡ أَنَّمَا خَلَقۡنَٰكُمۡ عَبَثٗا وَأَنَّكُمۡ إِلَيۡنَا لَا تُرۡجَعُونَ ١١٥

فَتَعَٰلَى ٱللَّهُ ٱلۡمَلِكُ ٱلۡحَقُّۖ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ رَبُّ ٱلۡعَرۡشِ ٱلۡكَرِيمِ ١١٦

116. Nihahabwe icubahiro nta ngere Imana Allah, Umwami Aganza vyose, Nyakuri[1], nta mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, Imana Rurema w'Ubuhangamo bwubashwe.

وَمَن يَدۡعُ مَعَ ٱللَّهِ إِلَٰهًا ءَاخَرَ لَا بُرۡهَٰنَ لَهُۥ بِهِۦ فَإِنَّمَا حِسَابُهُۥ عِندَ رَبِّهِۦٓۚ إِنَّهُۥ لَا يُفۡلِحُ ٱلۡكَٰفِرُونَ ١١٧

117. Uwo wese rero asenga iyindi mana hamwe n'Imana Allah, kandi ata n'icemezo afise cemeza isengwa ry'iyo mana yindi, ni ukuri iharurwa ry'ibikorwa vyiwe bibi riri ku Mana yiwe Rurema Allah. Abagarariji ntibazokira namba ibihano vyo ku musi w'izuka.

وَقُل رَّبِّ ٱغۡفِرۡ وَٱرۡحَمۡ وَأَنتَ خَيۡرُ ٱلرَّٰحِمِينَ ١١٨

118. Muvugishwamana! Uraheza rero uvuge uti: "Mana yanje Rurema Allah! Tugumirize akabanga Utubabarire ibicumuro, Unagirire impuhwe abaja bawe, burya Wewe ni We Mwiza w'abagirampuhwe bose".

24. An-Nuur (Umuco)
Aayah 64, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

سُورَةٌ أَنزَلۡنَٰهَا وَفَرَضۡنَٰهَا وَأَنزَلۡنَا فِيهَآ ءَايَٰتِۭ بَيِّنَٰتٖ لَّعَلَّكُمۡ تَذَكَّرُونَ ١

1. Iki ni igisomwa gihambaye Twamanuye muri Qor'ani, Tunabwiriza gushira mu ngiro ingingo ziri muri co, Twakimanuyemwo n'ivyemezo bitomoye kugira mwikebuke.

ٱلزَّانِيَةُ وَٱلزَّانِي فَٱجۡلِدُواْ كُلَّ وَٰحِدٖ مِّنۡهُمَا مِاْئَةَ جَلۡدَةٖۖ وَلَا تَأۡخُذۡكُم بِهِمَا رَأۡفَةٞ فِي دِينِ ٱللَّهِ إِن كُنتُمۡ تُؤۡمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلۡيَوۡمِ ٱلۡأٓخِرِۖ وَلۡيَشۡهَدۡ عَذَابَهُمَا طَآئِفَةٞ مِّنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ٢

2. Umusambanyikazi n'umusambanyi mu gihe batarubaka izabo, igihano c'umwe wese muri bo, ni ugukubitwa ibimoko ijana[2]. Ukubumvira impuhwe rero, ntikuzotume mudashira mu ngiro canke mutezura ico gihano nimwaba mwemera Imana Allah koko hamwe n'umusi w'iherezo, munubahiriza neza n'amabwirizwa y'ubwislamu. Ishirwa mu ngiro ry'ico gihano rero, ritegerezwa gushengererwa n'abemeramana ku kugira babone ububi bw'ico caha c'ubusambanyi, maze bavavanure na co hamwe no kucihanikiriza.

ٱلزَّانِي لَا يَنكِحُ إِلَّا زَانِيَةً أَوۡ مُشۡرِكَةٗ وَٱلزَّانِيَةُ لَا يَنكِحُهَآ إِلَّا زَانٍ أَوۡ مُشۡرِكٞۚ وَحُرِّمَ ذَٰلِكَ عَلَى ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ٣

3. Umusambanyi, ntashima gushingirwa kiretse umusambanyikazi nkawe canke umubangikanyamanakazi atemera ko ubusambanyi ari icaha. Kukaba nkako, n'umusambanyikazi nyene ntashima gushingirwa, kiretse umusambanyi nkawe canke umubangikanyamana atemera ko ubusambanyi ari icaha. Nayo abacungera ubwambure bwabo mu bemeramana, ntibashima namba gushingirwa muri ubwo

[1] Ukubaho kwayo n'ibikomoka kuri Yo vyose, ni ukuri, nta makenga canke amazinda ari mu mazina n'amatazirano yayo, kibure mu bumana bwayo.

[2] Vyarakiriwe mu migenzo y'intumwa ko hamwe n'ivyo bimoko ijana akubitwa, aheza akangazwa mu kiringo c'umwaka umwe.

buryo kuko ishingirwa nk'iryo ari ikizira ku bemeramana[1].

4. Abakorera inteba ishushe intore ata co zinona mu bagore n'abagabo mu kuzagiriza icaha c'ubusambanyi, hanyuma ntibazane ivyabona bine vy'intungane bizagiriza nya caha, murabaha igihano co gukubitwa ibimoko mirongo umunani, hamwe no kutemererwa kuba ivyabona kandi mu buzima bwabo bwose. Abo rero, ni na vyo bigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

وَٱلَّذِينَ يَرْمُونَ ٱلْمُحْصَنَٰتِ ثُمَّ لَمْ يَأْتُوا۟ بِأَرْبَعَةِ شُهَدَآءَ فَٱجْلِدُوهُمْ ثَمَٰنِينَ جَلْدَةً وَلَا تَقْبَلُوا۟ لَهُمْ شَهَٰدَةً أَبَدًا ۚ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْفَٰسِقُونَ ﴿٤﴾

5. Ariko rero, abazokwigaya mu nyuma, bakicuza kuri nya caha co kwagiriza ubusambanyi intore ata co zinona, bagaheza bakitunganya mu gukora ibikorwa vyiza, mu vy'ukuri Imana Allah ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Izobumvira, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِلَّا ٱلَّذِينَ تَابُوا۟ مِنۢ بَعْدِ ذَٰلِكَ وَأَصْلَحُوا۟ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٥﴾

6. Abakorera inteba ishushe abakenyezi babo mu kubagiriza icaha c'ubusambanyi, ata n'ivyabona bindi vy'intungane bafise vyagiriza abo bakenyezi nya caha, kiretse bo bonyene ubwabo, umwe wese muri bo ategerezwa kwemanga imbere y'ubutungane mu kurahira incuro zine avuga ati: "Ndarahiye ngira Imana Allah Icabona canje, ko mvugisha ukuri ku caha c'ubusambanyi nagiriza umukenyezi wanje";

وَٱلَّذِينَ يَرْمُونَ أَزْوَٰجَهُمْ وَلَمْ يَكُن لَّهُمْ شُهَدَآءُ إِلَّآ أَنفُسُهُمْ فَشَهَٰدَةُ أَحَدِهِمْ أَرْبَعُ شَهَٰدَٰتٍۭ بِٱللَّهِ ۙ إِنَّهُۥ لَمِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ﴿٦﴾

7. Aheze yongereko n'indahiro igira gatanu yo kwisabira imivumo y'Imana Allah avuga ati: "Ndakavumwa n'Imana Allah, ninaba mbeshera umukenyezi wanje ku caha c'ubusambanyi ndamwagiriza".

وَٱلْخَٰمِسَةُ أَنَّ لَعْنَتَ ٱللَّهِ عَلَيْهِ إِن كَانَ مِنَ ٱلْكَٰذِبِينَ ﴿٧﴾

8. Kuri iyi ndahiro igira gatanu, umukenyezi wiwe aca yagirwa na nya caha c'ubusambanyi, agaheza agahabwa igihano co guterwa amabuye gushika apfe. Nta gikura ico gihano kuri nya mukenyezi, kiretse ukurahira incuro zine avuga ati: "Ndarahiye ngira Imana Allah Icabona canje, ko umugabo wanje ambeshera ku caha c'ubusambanyi anyagiriza";

وَيَدْرَؤُا۟ عَنْهَا ٱلْعَذَابَ أَن تَشْهَدَ أَرْبَعَ شَهَٰدَٰتٍۭ بِٱللَّهِ ۙ إِنَّهُۥ لَمِنَ ٱلْكَٰذِبِينَ ﴿٨﴾

9. Aheze yongereko n'indahiro igira gatanu yo kwisabira gushavurirwa n'Imana Allah avuga ati: "Ndagashavurirwa n'Imana Allah, umugabo wanje niyaba avugisha ukuri ku caha c'ubusambanyi anyagiriza". Kuri iyi ndahiro igira gatanu rero, baca bahukanishwa.

وَٱلْخَٰمِسَةَ أَنَّ غَضَبَ ٱللَّهِ عَلَيْهَآ إِن كَانَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ﴿٩﴾

10. Iyo hataba impano z'Imana Allah n'impuhwe zayo kuri mwebwe abemeramana, mu gushinga ingingo yo kwahukana kw'abubakanye bagirizanya ubusambanyi mu gihe barahiye, umubeshi muri bo yari guhanishwa igihano yisabiye mu kurahira, ivyo rero biri ukwo kuko Imana Allah

وَلَوْلَا فَضْلُ ٱللَّهِ عَلَيْكُمْ وَرَحْمَتُهُۥ وَأَنَّ ٱللَّهَ تَوَّابٌ حَكِيمٌ ﴿١٠﴾

[1] Iyi Aayah, ni icemezo kiziririza ishingirwa ry'umusambanyikazi canke ry'umusambanyi atabanje kwigaya icaha c'ubusambanyi.

ari Nyenukwumvirabigaya, Yumvira abayitakambira mu biremwa, Intungane mu vyo Ikora.

إِنَّ ٱلَّذِينَ جَآءُو بِٱلْإِفْكِ عُصْبَةٌ مِّنكُمْ ۚ لَا تَحْسَبُوهُ شَرًّا لَّكُم ۖ بَلْ هُوَ خَيْرٌ لَّكُمْ ۚ لِكُلِّ ٱمْرِئٍ مِّنْهُم مَّا ٱكْتَسَبَ مِنَ ٱلْإِثْمِ ۚ وَٱلَّذِى تَوَلَّىٰ كِبْرَهُۥ مِنْهُمْ لَهُۥ عَذَابٌ عَظِيمٌ ﴿١١﴾

11. Mu vy'ukuri, abazanye inkuru y'irementanya y'icaha c'ubusambanyi bagirije umuvyeyi w'abameramana Aisha (Imana Allah Imwishimire), ni akagwi k'abantu muri mwebwe nyene. Ntimwibaze rero ko iryo rementanya harimwo inabi kuri mwebwe, ahubwo harimwo ineza kuri mwebwe kuko ari yo mvo y'iyezwa ry'umuvyeyi w'abemeramana Aisha kuri ico caha, vyongeye ni n'igeragezwa ku bemeramana. Uwo wese rero, yakwiragije iryo rementanya yarakoze icaha ategerezwa guhanirwa; nayo uwagize[1] uruhara rukomeye muri bo mw'ikwiragizwa ry'iryo rementanya, arategekanirijwe ibihano rutura mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

لَّوْلَآ إِذْ سَمِعْتُمُوهُ ظَنَّ ٱلْمُؤْمِنُونَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتُ بِأَنفُسِهِمْ خَيْرًا وَقَالُوا۟ هَٰذَآ إِفْكٌ مُّبِينٌ ﴿١٢﴾

12. Ese iyo bamwe ku bandi muri mwebwe abemeramana biyumvira bagashira imbere ineza igihe mwumviye nya rementanya, maze bakavuga bati: "Iyi nkuru, ni irementanya ryeruye kuri Aisha (Imana Allah Imwishimire)!".

لَّوْلَا جَآءُو عَلَيْهِ بِأَرْبَعَةِ شُهَدَآءَ ۚ فَإِذْ لَمْ يَأْتُوا۟ بِٱلشُّهَدَآءِ فَأُو۟لَٰٓئِكَ عِندَ ٱللَّهِ هُمُ ٱلْكَٰذِبُونَ ﴿١٣﴾

13. Abazanye iryo rementanya, ntibari gupfuma bazana ivyabona bine vy'intungane biryemeza! Ku kubera ko rero batashoboye kuzana nya vyabona, abo ku Mana Allah ni bo babeshi ruhebwa.

وَلَوْلَا فَضْلُ ٱللَّهِ عَلَيْكُمْ وَرَحْمَتُهُۥ فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِ لَمَسَّكُمْ فِى مَآ أَفَضْتُمْ فِيهِ عَذَابٌ عَظِيمٌ ﴿١٤﴾

14. Iyo hataba impano z'Imana Allah kuri mwebwe abemeramana mu kutihutira kubahana kw'isi, hamwe n'impuhwe zayo mu kwumvira abigaya muri mwebwe, mwari gukorwako n'ibihano rutura bitewe n'ikwiragizwa ry'iryo rementanya.

إِذْ تَلَقَّوْنَهُۥ بِأَلْسِنَتِكُمْ وَتَقُولُونَ بِأَفْوَٰهِكُم مَّا لَيْسَ لَكُم بِهِۦ عِلْمٌ وَتَحْسَبُونَهُۥ هَيِّنًا وَهُوَ عِندَ ٱللَّهِ عَظِيمٌ ﴿١٥﴾

15. Igihe mwahanahana inkuru y'iryo rementanya kandi ari ikinyoma ceruye, mugaheza mukarikwiragiza mu kuvuga ivyo mutazi, mwibaza ko ari ikintu coroshe cofatwa minenegwe kandi ku Mana Allah ari icaha rutura[2]!

وَلَوْلَآ إِذْ سَمِعْتُمُوهُ قُلْتُم مَّا يَكُونُ لَنَآ أَن نَّتَكَلَّمَ بِهَٰذَا سُبْحَٰنَكَ هَٰذَا بُهْتَٰنٌ عَظِيمٌ ﴿١٦﴾

16. Igihe mwumviye nya rementanya, ntimwari gupfuma muvuga muti: "Eka ntiturekuriwe namba kuvuga iki kinyoma, ininahazwa ni iryawe Mana, ukubeshera umukenyezi w'Intumwa yawe ntibikabe, iri ni irementanya rutura kandi rihanwa".

يَعِظُكُمُ ٱللَّهُ أَن تَعُودُوا۟ لِمِثْلِهِۦٓ أَبَدًا إِن كُنتُم مُّؤْمِنِينَ ﴿١٧﴾

17. Imana Allah, Irabibutsa Ibihaniza ko mutopfa musubiriye kugira irementanya nk'iri nimwaba muri abemeramana koko.

---

[2] Ni umukuru w'indyarya yitwa Abdu Llaahi mwene Ubayyi mwene Saluul.

[2] Ugukwiragiza igihuha, kuba kurimwo ivyaha bibiri; ukuvuga ikinyoma hamwe rero no kuvuga ico umuntu adafitiye ubumenyi bucemeza. Iyi Aayah rero, irihaniza yivuye inyuma ugufata minenegwe ikwiragizwa ry'igihuha.

18. Imana Allah, Iranabatomorera Aayah zayo zirimwo ingingo n'inyigisho mukwiye kugendera, burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi ivyo mukora; Intungane mu vyo Ikora.

وَيُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمُ ٱلْأَيَٰتِۚ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٌ ﴿١٨﴾

19. Mu vy'ukuri, abakunda ko ukwagirizanya ubusambanyi n'ukwambikana ibara bikwiragizwa mu bemeramana nibatigaya nya caha, barategekanirijwe ibihano bibabaza kw'isi[1] hamwe rero n'umuriro mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Burya Imana Allah, Irazi neza ivyo babesha mu gihe mwebwe ata vyo muzi.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يُحِبُّونَ أَن تَشِيعَ ٱلْفَٰحِشَةُ فِى ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِۚ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ وَأَنتُمْ لَا تَعْلَمُونَ ﴿١٩﴾

20. Iyo hataba impano z'Imana Allah hamwe n'impuhwe zayo ku bakwiragije inkuru y'irementanya muri mwebwe abemeramana, Imana Allah ntiyari kubatomorera izi ngingo n'inyigisho ngo mwikebuke, Yari kwihutira nyabuna kubahana. Ivyo rero biri ukwo, kuko Imana Allah ari Nyenikigongwe, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَلَوْلَا فَضْلُ ٱللَّهِ عَلَيْكُمْ وَرَحْمَتُهُۥ وَأَنَّ ٱللَّهَ رَءُوفٌ رَّحِيمٌ ﴿٢٠﴾

21. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimugakurikire inzira za shetani, burya uwukurikiye inzira za shetani, nta nkeka ko shetani imwosha ikamutegeka gukora ivyaha rutura n'ibicumuro. Iyo rero hataba impano z'Imana Allah hamwe n'impuhwe zayo kuri mwebwe abemeramana, nta n'umwe muri mwebwe yopfuye yiyejeje ivyaha n'ibicumuro, ariko rero Imana Allah ku mpuhwe zayo Yeza uwo Ishatse. Burya Imana Allah ni Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza n'ivyo muzirikana.

۞يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَتَّبِعُواْ خُطُوَٰتِ ٱلشَّيْطَٰنِۚ وَمَن يَتَّبِعْ خُطُوَٰتِ ٱلشَّيْطَٰنِ فَإِنَّهُۥ يَأْمُرُ بِٱلْفَحْشَآءِ وَٱلْمُنكَرِۚ وَلَوْلَا فَضْلُ ٱللَّهِ عَلَيْكُمْ وَرَحْمَتُهُۥ مَا زَكَىٰ مِنكُم مِّنْ أَحَدٍ أَبَدًا وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ يُزَكِّى مَن يَشَآءُۗ وَٱللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٌ ﴿٢١﴾

22. Abatewe iteka mw'idini no mu kuronswa ikibabeshaho, ntibakarahire ko baretse gufasha mu gutera inkunga abavandimwe babo bakenye, abakene batagira shinge na rugero n'abimutse mu nzira yo guharanira idini ry'Imana Allah, maze bakareka kubafasha ku mvo y'icaha bakoze, barabagirira ikigongwe ku caha babakoreye, baheze bacirengagize. None mweho ntimukunda ko Imana Allah Ibagumiriza akabanga ku vyaha mwakoze Ikababababarira! Burya Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo[2].

وَلَا يَأْتَلِ أُوْلُواْ ٱلْفَضْلِ مِنكُمْ وَٱلسَّعَةِ أَن يُؤْتُوٓاْ أُوْلِى ٱلْقُرْبَىٰ وَٱلْمَسَٰكِينَ وَٱلْمُهَٰجِرِينَ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِۖ وَلْيَعْفُواْ وَلْيَصْفَحُوٓاْۗ أَلَا تُحِبُّونَ أَن يَغْفِرَ ٱللَّهُ لَكُمْۚ وَٱللَّهُ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٢٢﴾

23. Mu vy'ukuri, abakorera inteba ishushe abakenyezi bubatse izabo ata n'ico binona, abemeramanakazi batigera biyumvira na rimwe ko bosambana, mu kubagiriza icaha c'ubusambanyi, baravumwe n'Imana Allah kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa,

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَرْمُونَ ٱلْمُحْصَنَٰتِ ٱلْغَٰفِلَٰتِ ٱلْمُؤْمِنَٰتِ لُعِنُواْ فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِ وَلَهُمْ عَذَابٌ عَظِيمٌ ﴿٢٣﴾

[1] Gukubitwa ibimoko mirongo umunani, hatibagiwe kubaho mu maganya.

[2] Iyi Aayah irahimiriza umuntu ko agirira ikigongwe uwamugiriye nabi, akirengagiza kumwihora n'aho uwamugiriye nabi atohaha gusubira kumugirira nabi.

baratege kanirijwe n'ibihano rutura mu muriro wa Jahannamu ku musi w'izuka[1];

يَوْمَ تَشْهَدُ عَلَيْهِمْ أَلْسِنَتُهُمْ وَأَيْدِيهِمْ وَأَرْجُلُهُم بِمَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿٢٤﴾

24. Umusi indimi zabo zizobagiriza ku vyo bavuga, amaboko n'amaguru na vyo bikabagiriza ku vyo bakoze bakiri kw'isi.

يَوْمَئِذٍ يُوَفِّيهِمُ ٱللَّهُ دِينَهُمُ ٱلْحَقَّ وَيَعْلَمُونَ أَنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلْحَقُّ ٱلْمُبِينُ ﴿٢٥﴾

25. Kuri uwo musi rero, Imana Allah Izobahemba ku vyo bakoze impembo ikwiye vy'ukuri. Aho rero, bazoheza bamenye kandi ko Imana Allah ari Yo Nyakuri[2], Nyenugutomora.

ٱلْخَبِيثَٰتُ لِلْخَبِيثِينَ وَٱلْخَبِيثُونَ لِلْخَبِيثَٰتِ ۖ وَٱلطَّيِّبَٰتُ لِلطَّيِّبِينَ وَٱلطَّيِّبُونَ لِلطَّيِّبَٰتِ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ مُبَرَّءُونَ مِمَّا يَقُولُونَ ۖ لَهُم مَّغْفِرَةٌ وَرِزْقٌ كَرِيمٌ ﴿٢٦﴾

26. Igihumbu kiberanye n'inshirasoni, amajambo n'ibikorwa vy'ubuhumbu n'ivy'ubushirasoni biberanye n'abantu b'izo ngeso mbi. Intore mu bagabo no mu bagore zirajana, amajambo n'ibikorwa vy'ubutore biberanye n'intore. Izo ntore rero, ziri kure cane y'amabi yose y'ubushurashuzi baziramentaniriza, zirera. Imana Allah Izozigumiriza akabanga, ziheze zibabarirwe ivyaha vyazo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, maze zironke n'impano zubashwe kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَا تَدْخُلُوا۟ بُيُوتًا غَيْرَ بُيُوتِكُمْ حَتَّىٰ تَسْتَأْنِسُوا۟ وَتُسَلِّمُوا۟ عَلَىٰٓ أَهْلِهَا ۚ ذَٰلِكُمْ خَيْرٌ لَّكُمْ لَعَلَّكُمْ تَذَكَّرُونَ ﴿٢٧﴾

27. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukinjire mu mazu atari ayanyu mutabanje kudodora mukanaramutsa bene yo muti: "Nimugire amahoro y'Imana Allah, mbega twinjire?". Ukwo kudodora rero, ni vyo vyiza kuri mwebwe ku kugira mwibuke mwongere mwubahirize amabwirizwa y'Imana Allah.

فَإِن لَّمْ تَجِدُوا۟ فِيهَآ أَحَدًا فَلَا تَدْخُلُوهَا حَتَّىٰ يُؤْذَنَ لَكُمْ ۖ وَإِن قِيلَ لَكُمُ ٱرْجِعُوا۟ فَٱرْجِعُوا۟ ۖ هُوَ أَزْكَىٰ لَكُمْ ۚ وَٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ عَلِيمٌ ﴿٢٨﴾

28. Nimutasanga muri nya mazu umuntu n'umwe abitaba akababaha ikaze, ntimuzoyinjiremwo gushika habonetse uwubitaba. Niyabitaba akanka kubaha ikaze, akabasaba gusubira inyuma, murasubira inyuma mutarinze guhadikiriza, maze mugende mu bwitonzi nta ngere, ico ni na co kibeza gusumba, ha kubona ivyo mutarekuriwe hamwe mwohadikiriza kwinjira. Burya Imana Allah, Irazi neza ivyo mukora vyose, ni Nyenubumenyikurivyose.

لَّيْسَ عَلَيْكُمْ جُنَاحٌ أَن تَدْخُلُوا۟ بُيُوتًا غَيْرَ مَسْكُونَةٍ فِيهَا مَتَٰعٌ لَّكُمْ ۚ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ مَا تُبْدُونَ وَمَا تَكْتُمُونَ ﴿٢٩﴾

29. Ariko rero, nta kabi kuri mwebwe ko mwinjira mu mazu atagenewe kubamwo abantu mutabanje kudodora, mu gihe hoba hari ico mukeneyeyo; nk'amazu yagenewe kuba uburaro bw'ingenzi, n'ayandi mazu rusangi. Burya Imana Allah, Irazi neza ivyo mugaragaza n'ivyo muhisha.

---

[1] Iyi Aayah, ni icemezo c'uko uwututse uwundi canke akambika ibara umwe mu bakenyezi b'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aba agararije.

[2] Ukubaho kwayo n'ibikomoka kuri Yo vyose, ni ukuri, nta makenga canke amazinda ari mu mazina n'amatazirano yayo, kibure mu bumana bwayo.

30. Muvugishwamana! Bwira abemeramana bicishe bugufi mu kwunamika amaso yabo mu kutaraba ibizira vyotuma bagwa mu caha c'ubusambanyi, baheze bacungere n'ubwambure bwabo mu kudakora ibizira[1]; ivyo ni vyo bibeza gusumba. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Muhetuziwavyose, Irazi ibintu vyose bakoze;

قُل لِّلْمُؤْمِنِينَ يَغُضُّوا۟ مِنْ أَبْصَٰرِهِمْ وَيَحْفَظُوا۟ فُرُوجَهُمْ ۚ ذَٰلِكَ أَزْكَىٰ لَهُمْ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ خَبِيرٌۢ بِمَا يَصْنَعُونَ ﴿٣٠﴾

31. Bwira n'abemeramanakazi bicishe bugufi mu kwunamika amaso yabo mu kutaraba ibizira mu bwambure, baheze bacungere n'ubwambure bwabo mu kudakora ibizira, ntibanagaragarize abagabo ibisharizo vyabo bambaye, ahubwo bagerageze guhisha nya bisharizo, kiretse impuzu bambaye mu gihe zitoba imvo y'igeragezwa. Baraheza rero barenze ku mutwe umwitwikiro upfuka mw'izosi no ku gikiriza, kandi ntibazogaragaze namba ibisharizo bambaye kiretse gusa ku bagabo babo[2], ba se canke ba sebukwe[3], abana babo canke abana b'abagabo babo b'abahungu, basaza babo, abana b'abahungu ba basaza babo canke aba benewabo, abislamukazi, abashumba babo, abagabo bagenzwa no kuronswa icorirenza batigera bipfuza abagore, abana b'abahungu bakiri bato bataramenya ubwambure bw'abagore (bataragera mu bigero) ngo babipfuze; abagore ntibakagende badida ibirenge ku buryo ibisharizo bambaye ku maguru nk'imiringa n'ibindi bijegera. Hanyuma rero bemeramana! Muraheza mwigaye mwese ku Mana Allah, maze murangwe n'ingeso hamwe n'imigenzo myiza, kugira muronke intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَقُل لِّلْمُؤْمِنَٰتِ يَغْضُضْنَ مِنْ أَبْصَٰرِهِنَّ وَيَحْفَظْنَ فُرُوجَهُنَّ وَلَا يُبْدِينَ زِينَتَهُنَّ إِلَّا مَا ظَهَرَ مِنْهَا ۖ وَلْيَضْرِبْنَ بِخُمُرِهِنَّ عَلَىٰ جُيُوبِهِنَّ ۖ وَلَا يُبْدِينَ زِينَتَهُنَّ إِلَّا لِبُعُولَتِهِنَّ أَوْ ءَابَآئِهِنَّ أَوْ ءَابَآءِ بُعُولَتِهِنَّ أَوْ أَبْنَآئِهِنَّ أَوْ أَبْنَآءِ بُعُولَتِهِنَّ أَوْ إِخْوَٰنِهِنَّ أَوْ بَنِىٓ إِخْوَٰنِهِنَّ أَوْ بَنِىٓ أَخَوَٰتِهِنَّ أَوْ نِسَآئِهِنَّ أَوْ مَا مَلَكَتْ أَيْمَٰنُهُنَّ أَوِ ٱلتَّٰبِعِينَ غَيْرِ أُو۟لِى ٱلْإِرْبَةِ مِنَ ٱلرِّجَالِ أَوِ ٱلطِّفْلِ ٱلَّذِينَ لَمْ يَظْهَرُوا۟ عَلَىٰ عَوْرَٰتِ ٱلنِّسَآءِ ۖ وَلَا يَضْرِبْنَ بِأَرْجُلِهِنَّ لِيُعْلَمَ مَا يُخْفِينَ مِن زِينَتِهِنَّ ۚ وَتُوبُوٓا۟ إِلَى ٱللَّهِ جَمِيعًا أَيُّهَ ٱلْمُؤْمِنُونَ لَعَلَّكُمْ تُفْلِحُونَ ﴿٣١﴾

32. Bemeramana! Murashingira abatagira abagabo muri mwebwe no mu beranda mu ncoreke no mu bashumba banyu. Abipfuza kwabira muri bo nibaba bakenye, Imana Allah Izobakenura Ibahe mu mpano zayo. Burya Imana Allah, ni Nyenimpano-ntangere, Nyenubumenyikurivyose.

وَأَنكِحُوا۟ ٱلْأَيَـٰمَىٰ مِنكُمْ وَٱلصَّٰلِحِينَ مِنْ عِبَادِكُمْ وَإِمَآئِكُمْ ۚ إِن يَكُونُوا۟ فُقَرَآءَ يُغْنِهِمُ ٱللَّهُ مِن فَضْلِهِۦ ۗ وَٱللَّهُ وَٰسِعٌ عَلِيمٌ ﴿٣٢﴾

33. Abadashoboye kurongora ku mvo z'ubukene canke ku zindi mvo, barigumya mu kudatandukira ibizira gushika igihe Imana Allah Yabakenuriye, Ikabaha mu mpano zayo. Abashumba banyu bashaka ko mwandikiranira bakazobariha amahera kugira bikure mu buja, muraheza mwandikirane na bo nimwamenya ko bafise ishaka

وَلْيَسْتَعْفِفِ ٱلَّذِينَ لَا يَجِدُونَ نِكَاحًا حَتَّىٰ يُغْنِيَهُمُ ٱللَّهُ مِن فَضْلِهِۦ ۗ وَٱلَّذِينَ يَبْتَغُونَ ٱلْكِتَٰبَ مِمَّا مَلَكَتْ أَيْمَٰنُكُمْ فَكَاتِبُوهُمْ إِنْ عَلِمْتُمْ فِيهِمْ خَيْرًا ۖ وَءَاتُوهُم

[1] Mu kutagaragaza ubwambure, kudasambana, kutipfuza abagabo ku bandi canke abagore ku bandi, n'ibindi.

[2] Umugabo arekuriwe kubona umubiri wose w'umukenyezi wiwe hamwe n'ibisharizo yambaye, aho avyambaye hose.

[3] Se w'umugore canke sebukwe arekuriwe kumubona mu maso, mw'izosi, amaboko n'ibiganza vyiwe hamwe n'ivyo yambaye rero mu maso, mw'izosi no ku maboko.

n'intumbero nziza[1], maze mubaterere mu kubaha no mu matungo mwaronkejwe n'Imana Allah, canke mubahebere nya mahera mwandikiraniye. Ntimuzohatire incoreke zanyu ku gushurashura murondera kuzironkerako amaronko y'ivy'isi. Mbega muzishurashuza gute kandi zishaka kwigumya mu kudakora ibizira! Uwuzozihatira gushurashura azoba acumuye. Mu vy'ukuri, inyuma yo guhatirwa gushurashura, nya ncoreke izobabarirwa. Imana Allah ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

مِّن مَّالِ ٱللَّهِ ٱلَّذِىٓ ءَاتَىٰكُمْ ۚ وَلَا تُكْرِهُوا۟ فَتَيَٰتِكُمْ عَلَى ٱلْبِغَآءِ إِنْ أَرَدْنَ تَحَصُّنًا لِّتَبْتَغُوا۟ عَرَضَ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا ۚ وَمَن يُكْرِههُّنَّ فَإِنَّ ٱللَّهَ مِنۢ بَعْدِ إِكْرَٰهِهِنَّ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٣٣﴾

34. Bemeramana! Ni ukuri, Twarabamanuriye Aayah za Qor'ani zitomoye zigaragaza ukuri, Tubacira n'agace ku vyashikiye abantu b'aho hambere yanyu, kugira bibere inkebuzo n'inyigisho abagamburukiramana.

وَلَقَدْ أَنزَلْنَآ إِلَيْكُمْ ءَايَٰتٍ مُّبَيِّنَٰتٍ وَمَثَلًا مِّنَ ٱلَّذِينَ خَلَوْا۟ مِن قَبْلِكُمْ وَمَوْعِظَةً لِّلْمُتَّقِينَ ﴿٣٤﴾

35. Imana Allah, ni Yo Muco w'amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo, vyose birongorwa n'umuco w'ubumenyi n'uburongozi vyayo. Akarorero k'umuco w'uburongozi bw'Imana Allah mu kurongora abemeramana, ni nk'umwenge uri mu ruhome wegeranya umuco ngo ntushwiragire; muri nya mwenge hakaba harimwo itara, nya tara rikaba riri mu kiyo, nya kiyo kikaba kimeze nk'inyenyeri yakaka, nya tara na ryo rikatswa n'amavuta y'igiti gihezagiwe c'Umuzayituni, kiri ahantu gishikirwa ku mpande zose n'umuco w'izuba umwanya wose; si mu gihe gusa c'iseruka ry'izuba, eka si no mu gihe gusa c'irenga ryaryo. Nya mavuta rero ya nya giti gihezagiwe ahakwa kwaka akabonesha n'aho yoba ataracanwa n'umuriro; agize ngo aracanwe hoho yaka vy'akaroruhore ukabona hose harakaka, ari umuco ku wundi[2]. Ni nk'ukwo nyene rero umuco w'uburongozi ubonesha mu mutima w'umwemeramana. Burya rero Imana Allah, Irongora uwo Ishatse Ikamushoboza kuzigama no gukurikira Qor'ani, kandi Imana Allah Icira agace abantu b'abanyabwenge kugira batahure ivyemezo n'amabwirizwa vyayo. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, nta co Iyobewe.

۞ ٱللَّهُ نُورُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ مَثَلُ نُورِهِۦ كَمِشْكَوٰةٍ فِيهَا مِصْبَاحٌ ۖ ٱلْمِصْبَاحُ فِى زُجَاجَةٍ ۖ ٱلزُّجَاجَةُ كَأَنَّهَا كَوْكَبٌ دُرِّىٌّ يُوقَدُ مِن شَجَرَةٍ مُّبَٰرَكَةٍ زَيْتُونَةٍ لَّا شَرْقِيَّةٍ وَلَا غَرْبِيَّةٍ يَكَادُ زَيْتُهَا يُضِىٓءُ وَلَوْ لَمْ تَمْسَسْهُ نَارٌ ۚ نُّورٌ عَلَىٰ نُورٍ ۚ يَهْدِى ٱللَّهُ لِنُورِهِۦ مَن يَشَآءُ ۚ وَيَضْرِبُ ٱللَّهُ ٱلْأَمْثَٰلَ لِلنَّاسِ ۗ وَٱللَّهُ بِكُلِّ شَىْءٍ عَلِيمٌ ﴿٣٥﴾

36. Uwo muco w'uburongozi rero uri mu misigiti, Imana Allah Yategetse ko yubakwa ikubahwa hakanayagirwamwo izina ryayo mw'ininahaza n'itaziramana no mu gusoma Qor'ani, n'ibindi, maze nya misigiti igasengerwamwo gusa Imana Imwe Rudende Allah mu gitondo no ku mugoroba;

فِى بُيُوتٍ أَذِنَ ٱللَّهُ أَن تُرْفَعَ وَيُذْكَرَ فِيهَا ٱسْمُهُۥ يُسَبِّحُ لَهُۥ فِيهَا بِٱلْغُدُوِّ وَٱلْـَٔاصَالِ ﴿٣٦﴾

[2] Mu kuba ari abagororotsi, bafise ishaka hamwe n'ubushobozi bwo kwironderera icobabeshaho.
[2] Umuco w'amavuta ya zayituni ataracanwa hiyongeyeko umuco w'ukwatsa nya mavuta n'umuriro.

37. Igaheza Ikaninahazwa Igatazirwa n'abagabo batigera basamazwa n'urudandazwa, canke n'amasezerano bagiranira y'ubuguzi ngo bibakure kw'ininahaza n'itaziramana no gutsimbaza isengesho no gutanga ishikanwa-bwirizwa. Ivyo vyose rero, bakabikora batinya ibihano vyo ku musi w'izuka, igihe ibiremwa vyaturumbuye amaso bigahungabana imitima;

رِجَالٌ لَّا تُلْهِيهِمْ تِجَٰرَةٌ وَلَا بَيْعٌ عَن ذِكْرِ ٱللَّهِ وَإِقَامِ ٱلصَّلَوٰةِ وَإِيتَآءِ ٱلزَّكَوٰةِ يَخَافُونَ يَوْمًا تَتَقَلَّبُ فِيهِ ٱلْقُلُوبُ وَٱلْأَبْصَٰرُ ﴿٣٧﴾

38. Kugira Imana Allah Ibahembe indishi nziza ibereye ku vyiza bakoze, Iheze Ibongerereze no mu mpano zayo mu kugwirizwa indishi. Burya Imana Allah, Ironsa uwo Ishatse indishi irengeye kure cane ibikorwa yakoze Itarinze no kumuharurira.

لِيَجْزِيَهُمُ ٱللَّهُ أَحْسَنَ مَا عَمِلُوا۟ وَيَزِيدَهُم مِّن فَضْلِهِۦ ۗ وَٱللَّهُ يَرْزُقُ مَن يَشَآءُ بِغَيْرِ حِسَابٍ ﴿٣٨﴾

39. Nayo abagarariye Imana yabo Rurema Allah bagahakana bivuye inyuma Intumwa zayo, ibikorwa vyabo bibwira ko bizobungura mu buzima bw'inyuma yo gupfa, bizobabera impfagusa; nk'icirungu[1] aho uwishwe n'inyota abona mu bugaragwa akiyumvira yihenda ko abonye amazi, ariko yamara kuhashika agasanga nta n'ima ry'amazi ryahigeze. Ni nk'ukwo nyene rero umugarariji azosanga ivyo yakoze ku musi w'izuka vyamubereye impfagusa, ata n'ico vyomwungura, aheze ahasange Imana Allah Iheze Imuhembere ivyo yakoze ata karenganyo. Burya Imana Allah, Iranyarutsa mu guharurira ibiremwa;

وَٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ أَعْمَٰلُهُمْ كَسَرَابٍۭ بِقِيعَةٍ يَحْسَبُهُ ٱلظَّمْـَٔانُ مَآءً حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءَهُۥ لَمْ يَجِدْهُ شَيْـًٔا وَوَجَدَ ٱللَّهَ عِندَهُۥ فَوَفَّىٰهُ حِسَابَهُۥ ۗ وَٱللَّهُ سَرِيعُ ٱلْحِسَابِ ﴿٣٩﴾

40. Canke nya bikorwa bibabere nka kurya kw'umuzimagiza mw'ibahari rirerire ririmwo imikuba y'urutavanako; hejuru ya nya mikuba hari n'iyindi mikuba; hejuru yayo hari igipfungu c'ibicu vyinshi, gutyo habe umuzimagiza hejuru y'uwundi. Uwugize ngo arasohoye ukuboko muri nya muzimagiza agahakwa kutakubona. Ni nk'ukwo nyene rero abagarariji bari mu muzimagiza w'ubugarariji, hiyongeyeko umuzimagiza w'ubuhuvyi n'uw'ubwononyi. Uwo wese rero adahawe n'Imana Allah umuco w'uburongozi vyayo, ntazogenda aronse umuco umurongora.

أَوْ كَظُلُمَٰتٍ فِى بَحْرٍ لُّجِّىٍّ يَغْشَىٰهُ مَوْجٌ مِّن فَوْقِهِۦ مَوْجٌ مِّن فَوْقِهِۦ سَحَابٌ ۚ ظُلُمَٰتٌۢ بَعْضُهَا فَوْقَ بَعْضٍ إِذَآ أَخْرَجَ يَدَهُۥ لَمْ يَكَدْ يَرَىٰهَا ۗ وَمَن لَّمْ يَجْعَلِ ٱللَّهُ لَهُۥ نُورًا فَمَا لَهُۥ مِن نُّورٍ ﴿٤٠﴾

41. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye ko ibiremwa vyose biri mu majuru n'isi bininahaza Imana Allah, n'inyoni zikayininahaza zishanje amababa zarara mu kirere! Kimwe cose muri ivyo biremwa rero, Imana Allah Yaracigishije ukuntu kiyisenga kikanayininahaza. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibigirwa n'ibiremwa.

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ يُسَبِّحُ لَهُۥ مَن فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَٱلطَّيْرُ صَٰٓفَّٰتٍ ۖ كُلٌّ قَدْ عَلِمَ صَلَاتَهُۥ وَتَسْبِيحَهُۥ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌۢ بِمَا يَفْعَلُونَ ﴿٤١﴾

[1] Icirungu, ni kurya kuntu ubona ibuheramaso nk'uko hoba hari amazi, ariko wamara kuhagera ntuhasange nya mazi.

42. Imana Allah, ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza amajuru n'isi, ni no kuri Yo rero ibiremwa vyose bizosubira ku musi w'izuka.

وَلِلَّهِ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۖ وَإِلَى ٱللَّهِ ٱلْمَصِيرُ ﴿٤٢﴾

43. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwabonye ko Imana Allah Isunika ibicu Ikabiganisha aho Ishatse, hanyuma Ikavyegeranya bimaze gutatana, mu nyuma Ikabigwiriranya bigaheza bikaremera, maze ukabona imvura iraguye ivuye muri nya bicu izananye mu kirere, Ikanatuma n'imvura y'urubura igwa ivuye mu bicu bingana umusozi mu kirere, maze nya mvura ikagwa ahari abo Imana Allah Ishatse ko bayikorako mu biremwa, Igaheza Ikanayihitisha ahari abo Ishatse ku mvo z'ivyagezwe vyayo! Umuco w'umuravyo urabiriza muri nya bicu ku bukari bwawo, uhakwa kumena amaso uwuwuravye.

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ يُزْجِى سَحَابًا ثُمَّ يُؤَلِّفُ بَيْنَهُۥ ثُمَّ يَجْعَلُهُۥ رُكَامًا فَتَرَى ٱلْوَدْقَ يَخْرُجُ مِنْ خِلَٰلِهِۦ وَيُنَزِّلُ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مِن جِبَالٍ فِيهَا مِنۢ بَرَدٍ فَيُصِيبُ بِهِۦ مَن يَشَآءُ وَيَصْرِفُهُۥ عَن مَّن يَشَآءُ ۖ يَكَادُ سَنَا بَرْقِهِۦ يَذْهَبُ بِٱلْأَبْصَٰرِ ﴿٤٣﴾

44. Imana Allah, Ikurakuranya ijoro n'umurango, Ikanasumbasumbanya imyanya yavyo. Mu vy'ukuri muri ivyo vyose, ni ukuri harimwo inkebuzo yotuma abanyabwenge babushitse babona ubushobozi bw'Imana Allah, maze bakayisenga ari Imwe Rudende.

يُقَلِّبُ ٱللَّهُ ٱلَّيْلَ وَٱلنَّهَارَ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَعِبْرَةً لِّأُو۟لِى ٱلْأَبْصَٰرِ ﴿٤٤﴾

45. Imana Allah, ni Yo Yaremye zina-kintu cose kigendagenda kw'isi mu biremwa Igikomoye ku mazi. Muri ivyo biremwa rero, harimwo ibigenda vyikwega ku nda, hakabamwo n'ibigendera ku maguru abiri, harimwo n'ibigendera ku maguru ane. Burya Imana Allah, Irema ukwo Ishatse. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Mushoboravyose.

وَٱللَّهُ خَلَقَ كُلَّ دَآبَّةٍ مِّن مَّآءٍ ۖ فَمِنْهُم مَّن يَمْشِى عَلَىٰ بَطْنِهِۦ وَمِنْهُم مَّن يَمْشِى عَلَىٰ رِجْلَيْنِ وَمِنْهُم مَّن يَمْشِى عَلَىٰٓ أَرْبَعٍ ۚ يَخْلُقُ ٱللَّهُ مَا يَشَآءُ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٤٥﴾

46. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaramanuye muri Qor'ani ivyemezo bitomoye vyerekana ukuri. Burya Imana Allah, Irongora mw'idini ryayo rigororotse ry'ubwislamu uwo Ishatse mu baja bayo ku bugamburutsi bwiwe.

لَقَدْ أَنزَلْنَآ ءَايَٰتٍ مُّبَيِّنَٰتٍ ۚ وَٱللَّهُ يَهْدِى مَن يَشَآءُ إِلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٤٦﴾

47. Indyarya zirinamura zikavuga ziti: "Twaremeye Imana Allah twemera n'ivyarungikanwe Intumwa turanazumvira"; hanyuma hamwe n'ivyo, umugwi umwe muri zo ukirengagiza kwubahiriza ingingo y'Intumwa, eka izo ndyarya si n'abemeramana namba.

وَيَقُولُونَ ءَامَنَّا بِٱللَّهِ وَبِٱلرَّسُولِ وَأَطَعْنَا ثُمَّ يَتَوَلَّىٰ فَرِيقٌ مِّنْهُم مِّنۢ بَعْدِ ذَٰلِكَ ۚ وَمَآ أُو۟لَٰٓئِكَ بِٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٤٧﴾

48. N'iyo indyarya zirarikiwe mu gihe co gukemura amatati yazo, kugaruka zikisunga Igitabu c'Imana Allah n'ingingo y'Intumwa yayo, haca hiyadukiza umugwi muri zo wirengagiza ukanka nya ngingo y'Intumwa, kandi ari yo ngingo y'ukuri.

وَإِذَا دُعُوٓا۟ إِلَى ٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ لِيَحْكُمَ بَيْنَهُمْ إِذَا فَرِيقٌ مِّنْهُم مُّعْرِضُونَ ﴿٤٨﴾

49. Iyo naho nya mugwi ushimye nya ngingo, uraheza ukaza ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) wicishije bugufi mu kuyubahiriza.

وَإِن يَكُن لَّهُمُ ٱلْحَقُّ يَأْتُوٓا۟ إِلَيْهِ مُذْعِنِينَ ﴿٤٩﴾

أَفِي قُلُوبِهِم مَّرَضٌ أَمِ ٱرْتَابُوٓاْ أَمْ يَخَافُونَ أَن يَحِيفَ ٱللَّهُ عَلَيْهِمْ وَرَسُولُهُۥ ۚ بَلْ أُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ﴿٥٠﴾

50. Mbega none, indyarya zoba zirengagiza ingingo y'Intumwa kuko zanyengeterewe mu mutima n'indwara y'uburyarya, canke n'uko zifise amakenga yo kutemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), canke ni ku mvo zo gutinya ko zorenganywa n'ingingo y'Imana Allah n'Intumwa yayo! Eka niziteshwe zite, ahubwo ivyo vyose biterwa n'uko indyarya ari zo zirenganya mu kugarariza.

إِنَّمَا كَانَ قَوْلَ ٱلْمُؤْمِنِينَ إِذَا دُعُوٓاْ إِلَى ٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ لِيَحْكُمَ بَيْنَهُمْ أَن يَقُولُواْ سَمِعْنَا وَأَطَعْنَا ۚ وَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ﴿٥١﴾

51. Nayo abemeramana koko, bararikiwe mu gihe co gukemura amatati yabo kwisunga Igitabu c'Imana Allah n'ingingo y'Intumwa yayo, baraheza bakagamburuka, maze bakavuga bati: "Twumvise ingingo twahawe kandi twumviye n'uwayidushikirije". Abo, ni na bo rero baronse intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَمَن يُطِعِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَيَخْشَ ٱللَّهَ وَيَتَّقْهِ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْفَآئِزُونَ ﴿٥٢﴾

52. Uwo wese rero, yumviye Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo mu kwubahiriza amabwirizwa, akamana impungenge zitewe no gutinya guhanwa n'Imana Allah, uyo rero ari mu bantu benintsinzi y'Ubwami bw'ijuru.

۞وَأَقْسَمُواْ بِٱللَّهِ جَهْدَ أَيْمَٰنِهِمْ لَئِنْ أَمَرْتَهُمْ لَيَخْرُجُنَّ ۖ قُل لَّا تُقْسِمُواْ ۖ طَاعَةٌ مَّعْرُوفَةٌ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ خَبِيرٌۢ بِمَا تَعْمَلُونَ ﴿٥٣﴾

53. Ntumwa y'Imana! Indyarya zararahiye zirarengwa kw'izina ry'Imana Allah, ko uramutse uzitegetse kuja ku rugamba, ko zitegerezwa kurujako. Zibwire uti: "Ntimukarahire ku ruhendo kuko iyumviramana ryanyu ni iry'akarimi gasosa gusa. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mukora vyose".

قُلْ أَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَأَطِيعُواْ ٱلرَّسُولَ ۖ فَإِن تَوَلَّوْاْ فَإِنَّمَا عَلَيْهِ مَا حُمِّلَ وَعَلَيْكُم مَّا حُمِّلْتُمْ ۖ وَإِن تُطِيعُوهُ تَهْتَدُواْ ۚ وَمَا عَلَى ٱلرَّسُولِ إِلَّا ٱلْبَلَٰغُ ٱلْمُبِينُ ﴿٥٤﴾

54. Ntumwa y'Imana! Bwira abantu bose uti: "Nimwumvire Imana Allah mwongere mwumvire n'Intumwa". Bantu! Nimwagenza umugongo mukirengagiza ukuri, ni ukuri burya Intumwa ijejwe gusa gushikiriza ubutumwa, na mwe mugasabwa gushira mu ngiro ivyo mutegetswe. Nimwumvira iyo Ntumwa rero, muzotumbera inzira y'ukuri, burya nta kindi Intumwa ijejwe na canecane atari ugushikiriza ubutumwa butomoye.

وَعَدَ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مِنكُمْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَيَسْتَخْلِفَنَّهُمْ فِي ٱلْأَرْضِ كَمَا ٱسْتَخْلَفَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ وَلَيُمَكِّنَنَّ لَهُمْ دِينَهُمُ ٱلَّذِي ٱرْتَضَىٰ لَهُمْ وَلَيُبَدِّلَنَّهُم مِّنۢ بَعْدِ خَوْفِهِمْ أَمْنًا ۚ يَعْبُدُونَنِي لَا يُشْرِكُونَ بِي شَيْـًٔا ۚ وَمَن كَفَرَ بَعْدَ ذَٰلِكَ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْفَٰسِقُونَ ﴿٥٥﴾

55. Imana Allah, Yasezeraniye abayemeye muri mwebwe bagakora n'ivyiza bitegetswe, ko bitebe bitebuke Itegerezwa kubakomorera ibihugu vy'ababangikanyamana, Ikabibaragiza nk'uko Yabigenjeje ku bemeramana bo hambere yabo; Ikazonabatsimbatariza idini ryabo ry'ubwislamu Yabashimiye, Ikazonabatekanisha inyuma y'aho batekerewe n'ubwoba. Ivyo Nzobibatunganiriza Jewe Allah mu gihe bonsenga batambangikanya n'ikintu na kimwe. Uwuzogararariza inyuma y'ivyo vyose rero akihakana inema zanje Jewe Allah, azoba ari mu bigaba birenga ku mabwirizwa yanje.

56. Bemeramana! Nimutsimbataze amasengesho akwije ibisabwa, mutange n'ishikanwa-bwirizwa, muheze mwumvire n'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) kugira muronke impuhwe z'Imana Allah.

وَأَقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتُواْ ٱلزَّكَوٰةَ وَأَطِيعُواْ ٱلرَّسُولَ لَعَلَّكُمۡ تُرۡحَمُونَ ٥٦

57. Ntiwibaze rero ko abagararije bananiye Imana Allah ko Yobahanira kw'isi, ahubwo nyabuna Irashoboye kubahanira kw'isi, mbere n'ubushikiro bwabo ni mu muriro wa Jahannamu, ni na yo maherezo mabi cane.

لَا تَحۡسَبَنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ مُعۡجِزِينَ فِي ٱلۡأَرۡضِۚ وَمَأۡوَىٰهُمُ ٱلنَّارُۖ وَلَبِئۡسَ ٱلۡمَصِيرُ ٥٧

58. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimubwirize abashumba banyu hamwe n'abana bataragera mu bigero, ko bategerezwa kubanza kudodora imbere y'ukwinjira aho muri mu bihe bitatu: igihe co kwitegurira isengesho ryo mu mutwenzi[1], igihe co gukura impuzu ngo muruhuke ku musase[2] n'inyuma rero y'isengesho ryo ku mugoroba igihe mwiteguriye kuryama[3]. Ivyo rero ni vyo bihe kenshi mutaba mwambaye ngo mwikwize. Si bibi rero kuri mwebwe canke kuri bo kwinjira mutabanje kudodora mu bihe bitari ivyo, kuko mwese mukenerana mu gufashanya utu na turiya. Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Yabatomoreye ingingo zijanye n'urupfasoni rwo kudodora - Ibatomorera ivyemezo n'amabwirizwa vyayo. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibitunganye ku baja bayo, Intungane mu vyo Ikora.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لِيَسۡتَـٔۡذِنكُمُ ٱلَّذِينَ مَلَكَتۡ أَيۡمَٰنُكُمۡ وَٱلَّذِينَ لَمۡ يَبۡلُغُواْ ٱلۡحُلُمَ مِنكُمۡ ثَلَٰثَ مَرَّٰتٖۚ مِّن قَبۡلِ صَلَوٰةِ ٱلۡفَجۡرِ وَحِينَ تَضَعُونَ ثِيَابَكُم مِّنَ ٱلظَّهِيرَةِ وَمِنۢ بَعۡدِ صَلَوٰةِ ٱلۡعِشَآءِۚ ثَلَٰثُ عَوۡرَٰتٖ لَّكُمۡۚ لَيۡسَ عَلَيۡكُمۡ وَلَا عَلَيۡهِمۡ جُنَاحُۢ بَعۡدَهُنَّۚ طَوَّٰفُونَ عَلَيۡكُم بَعۡضُكُمۡ عَلَىٰ بَعۡضٖۚ كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمُ ٱلۡأٓيَٰتِۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٞ ٥٨

59. Abana banyu nibagera mu bigero, na bo nyene barabanza kudodora mu gihe cose bashatse kwinjira nk'uko abakuze babanza kudodora. Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Yabatomoreye ingingo zijanye n'urupfasoni rwo kudodora - Ibatomorera ivyemezo n'amabwirizwa vyayo. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibitunganye ku baja bayo, Intungane mu vyo Ikora.

وَإِذَا بَلَغَ ٱلۡأَطۡفَٰلُ مِنكُمُ ٱلۡحُلُمَ فَلۡيَسۡتَـٔۡذِنُواْ كَمَا ٱسۡتَـٔۡذَنَ ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِمۡۚ كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمۡ ءَايَٰتِهِۦۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٞ ٥٩

60. N'abakecuru batagishoboye kuva mu nzu, batagikeneye no gushingirwa, si bibi kuri bo kutambara umwitwikiro mu gihe atari mu ntumbero yo kugaragaza ibisharizo bambaye; ariko mu gihe bokwambara nya mwitwikiro bakikwiza, vyoba ari vyiza kurusha kuri bo. Burya Imana Allah, ni Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo mukora n'ivyo muzirikana.

وَٱلۡقَوَٰعِدُ مِنَ ٱلنِّسَآءِ ٱلَّٰتِي لَا يَرۡجُونَ نِكَاحٗا فَلَيۡسَ عَلَيۡهِنَّ جُنَاحٌ أَن يَضَعۡنَ ثِيَابَهُنَّ غَيۡرَ مُتَبَرِّجَٰتِۭ بِزِينَةٖۖ وَأَن يَسۡتَعۡفِفۡنَ خَيۡرٞ لَّهُنَّۗ وَٱللَّهُ سَمِيعٌ عَلِيمٞ ٦٠

[1] Ni igihe umuntu akura impuzu zo kurarana agashaka kwambara impuzu zo gusohokana.
[2] Ni igihe umuntu akura impuzu zo gusohokana agashaka kwambara impuzu zoroshe zo muhira.
[3] Ni igihe umuntu akura impuzu zo muhira agashaka kwambara impuzu zo kurarana.

61. Si bibi ku mpumyi, ku bimuga no ku barwayi kureka gukora ivyo badashoboye mu mabwirizwa, biturutse ku bumuga canke ku ndwara; eka si na bibi kuri mwebwe gufungurira hamwe mu miryango yanyu, canke mu miryango ya ba so na ba sobukwe, mu miryango ya ba nyoko canke iya benewanyu, mu miryango ya bashikanyu canke iya ba sowanyu, mu miryango ya ba nyogosenge canke iya ba nyokorome, mu miryango ya nyokwanyu, mu miryango mushinzwe gucungera ku burenganzira bwa bene yo mu gihe batahari no mu muryango w'umugenzi wanyu; muri ico gihe rero, si bibi kuri mwebwe gufungurira hamwe abagabo n'abagore canke gufungura umwe wese ukwiwe. Nimwinjira rero mu nzu zibamwo abantu (mu mihana), muraheza mwihe indamutso nziza ihezagiye ivuye ku Mana Allah muti: "Nimugire amahoro, impuhwe z'Imana Allah n'imihezagiro yayo[1]". Nihatagira abantu baba muri nya nzu, zikaba zagenewe ibindi bikorwa, muraheza mwihe indamutso muti: "Nitugire amahoro, twebwe hamwe n'aberanda b'Imana Allah[2]". Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Yabatomoreye ingingo zijanye n'urupfasoni rwo gufungura - Ibatomorera ivyemezo n'amabwirizwa vyayo kugira mubitegere, muheze muvyubahirize.

لَّيْسَ عَلَى ٱلْأَعْمَىٰ حَرَجٌ وَلَا عَلَى ٱلْأَعْرَجِ حَرَجٌ وَلَا عَلَى ٱلْمَرِيضِ حَرَجٌ وَلَا عَلَىٰٓ أَنفُسِكُمْ أَن تَأْكُلُوا۟ مِنۢ بُيُوتِكُمْ أَوْ بُيُوتِ ءَابَآئِكُمْ أَوْ بُيُوتِ أُمَّهَٰتِكُمْ أَوْ بُيُوتِ إِخْوَٰنِكُمْ أَوْ بُيُوتِ أَخَوَٰتِكُمْ أَوْ بُيُوتِ أَعْمَٰمِكُمْ أَوْ بُيُوتِ عَمَّٰتِكُمْ أَوْ بُيُوتِ أَخْوَٰلِكُمْ أَوْ بُيُوتِ خَٰلَٰتِكُمْ أَوْ مَا مَلَكْتُم مَّفَاتِحَهُۥٓ أَوْ صَدِيقِكُمْ ۚ لَيْسَ عَلَيْكُمْ جُنَاحٌ أَن تَأْكُلُوا۟ جَمِيعًا أَوْ أَشْتَاتًا ۚ فَإِذَا دَخَلْتُم بُيُوتًا فَسَلِّمُوا۟ عَلَىٰٓ أَنفُسِكُمْ تَحِيَّةً مِّنْ عِندِ ٱللَّهِ مُبَٰرَكَةً طَيِّبَةً ۚ كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمُ ٱلْءَايَٰتِ لَعَلَّكُمْ تَعْقِلُونَ ﴿٦١﴾

62. Abemeramana vy'ukuri, ni abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo; no mu gihe bari kumwe n'Intumwa mu gikorwa kibahuza, ntibiyonjorora mu bandi batabanje kuyisaba uburenganzira bwo kugenda. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri abagusaba uburenganzira ku mvo zumvikana, abo ni bo bemeye koko Imana Allah n'Intumwa yayo; nibagusaba uburenganzira bwo kuja gutunganya utwabo, uraha nya burenganzira uwo ushatse muri bo, uheze unabasabire ikigongwe ku Mana Allah. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِنَّمَا ٱلْمُؤْمِنُونَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَإِذَا كَانُوا۟ مَعَهُۥ عَلَىٰٓ أَمْرٍ جَامِعٍ لَّمْ يَذْهَبُوا۟ حَتَّىٰ يَسْتَـْٔذِنُوهُ ۚ إِنَّ ٱلَّذِينَ يَسْتَـْٔذِنُونَكَ أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ يُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ ۚ فَإِذَا ٱسْتَـْٔذَنُوكَ لِبَعْضِ شَأْنِهِمْ فَأْذَن لِّمَن شِئْتَ مِنْهُمْ وَٱسْتَغْفِرْ لَهُمُ ٱللَّهَ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٦٢﴾

63. Bemeramana! Ntimugahamagare Intumwa y'Imana kw'izina ngo ewe Mumahadi nk'uko muhamagarana hagati yanyu kw'izina, ariko murayihamagara mu cubahiro muti: "Ewe Muvugishwamana!", canke muti: "Ewe Ntumwa y'Imana!". Nta nkeka ko Imana Allah Izi neza indyarya ziyonjorora muri mwebwe mu cicaro, zitabanje gusaba Intumwa y'Imana uburenganzira. Abaca kubiri n'amabwirizwa y'Intumwa y'Imana baragabishwa ko

لَّا تَجْعَلُوا۟ دُعَآءَ ٱلرَّسُولِ بَيْنَكُمْ كَدُعَآءِ بَعْضِكُم بَعْضًا ۚ قَدْ يَعْلَمُ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ يَتَسَلَّلُونَ مِنكُمْ لِوَاذًا ۚ فَلْيَحْذَرِ ٱلَّذِينَ يُخَالِفُونَ عَنْ أَمْرِهِۦٓ أَن تُصِيبَهُمْ فِتْنَةٌ أَوْ يُصِيبَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٦٣﴾

[1] ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAHI WABARAKAATUH.
[2] ASSALAAMU ALAYNAA WA'ALAA IBAADI LLAAHI SSWAALIHIINA.

boshikirwa n'igeragezwa kw'isi, canke bagashikirwa n'ibihano bibabaza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

64. Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Rugaba w'ibiri mu majuru n'isi, nta nkeka rero ko ubumenyi bwayo buhetuye ivyo mukora vyose, n'umusi ibiremwa vyose vyasubijwe kuri Yo Izobibwira ido n'ido ku vyo vyakoze kw'isi, Iheze Inabibihembere. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, nta co Iyobewe.

أَلَآ إِنَّ لِلَّهِ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۖ قَدْ يَعْلَمُ مَآ أَنتُمْ عَلَيْهِ وَيَوْمَ يُرْجَعُونَ إِلَيْهِ فَيُنَبِّئُهُم بِمَا عَمِلُوا۟ ۗ وَٱللَّهُ بِكُلِّ شَىْءٍ عَلِيمٌۢ ﴿٦٤﴾

25. Al-Furqaan (Igitandukanya ukuri n'ikinyoma) Aayah 77, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Harakubahwa Imana Allah Nyenimigisha-ntangere ku biremwa, Yo Yamanuriye Qor'ani itandukanya ukuri n'ikinyoma Umuja wayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kugira agabishe abantu n'amajini ku bihano vyayo.

تَبَارَكَ ٱلَّذِى نَزَّلَ ٱلْفُرْقَانَ عَلَىٰ عَبْدِهِۦ لِيَكُونَ لِلْعَٰلَمِينَ نَذِيرًا ﴿١﴾

2. Ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo, ntiyigeze namba Inigenera umwana, eka ntiyigeze Igira n'umubangikanyi mu nganji y'ubwami bwayo, Yaremye ikintu ico ari co cose mu buryo bukibereye, Iraheza Irakigerera n'ibigikwiye ata gahaze canke akanenge.

ٱلَّذِى لَهُۥ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَلَمْ يَتَّخِذْ وَلَدًا وَلَمْ يَكُن لَّهُۥ شَرِيكٌ فِى ٱلْمُلْكِ وَخَلَقَ كُلَّ شَىْءٍ فَقَدَّرَهُۥ تَقْدِيرًا ﴿٢﴾

3. Ababangikanyamana bigiriye mu gishingo c'Imana Allah ibigirwamana basenga, bidashoboye kurema n'ikintu na kimwe, kanatsinda bo hamwe n'ivyo basenga vyaremwe n'Imana Allah, nta n'ico vyiyicira eka nta n'ico vyimariye, nkeswe kugira ico bibamariye; eka ntibinashoboye no kwaka ubuzima canke kubutanga, eka ntibinashoboye no kuzura n'uwapfuye.

وَٱتَّخَذُوا۟ مِن دُونِهِۦٓ ءَالِهَةً لَّا يَخْلُقُونَ شَيْـًٔا وَهُمْ يُخْلَقُونَ وَلَا يَمْلِكُونَ لِأَنفُسِهِمْ ضَرًّا وَلَا نَفْعًا وَلَا يَمْلِكُونَ مَوْتًا وَلَا حَيَوٰةً وَلَا نُشُورًا ﴿٣﴾

4. Abagararije Imana Allah, bavuze ko iyi Qor'ani atari ikindi, kiretse ko ari irementanya ryagizwe na Muhamadi arifashijwemwo n'abandi bantu. Ni ukuri, bazanye ijambo ry'akadenderezo n'ikinyoma cambaye ubusa, kuko Qor'ani nta kiremwa gishobora kuyirementanya;

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ إِنْ هَٰذَآ إِلَّآ إِفْكٌ ٱفْتَرَىٰهُ وَأَعَانَهُۥ عَلَيْهِ قَوْمٌ ءَاخَرُونَ ۖ فَقَدْ جَآءُو ظُلْمًا وَزُورًا ﴿٤﴾

5. Baranavuze kandi ko Qor'ani ari imigani n'ibitito vy'ab'aho hambere, Muhamadi yababuyeko, maze bakagenda barabimucira igitondo n'umugoroba!

وَقَالُوٓا۟ أَسَٰطِيرُ ٱلْأَوَّلِينَ ٱكْتَتَبَهَا فَهِىَ تُمْلَىٰ عَلَيْهِ بُكْرَةً وَأَصِيلًا ﴿٥﴾

6. Ntumwa y'Imana! Bwira abo bagarariji uti: "Qor'ani Yamanuwe n'Imana Allah, Yo ubumenyi bwayo buhetuye ibiri mu majuru no mw'isi. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yamye ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo".

قُلْ أَنزَلَهُ ٱلَّذِى يَعْلَمُ ٱلسِّرَّ فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ إِنَّهُۥ كَانَ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿٦﴾

7. Ababangikanyamana bavuze bati: “Uyu Muhamadi yiyita ko ari Intumwa, yokabaye yo agafungura co kimwe na twe, akaja no gusumira kw’isoko nkatwe! Nimba ari Intumwa, Imana Allah ntiyari gupfuma Imumanurira umumalayika yemeza ukuri kwiwe akamwitsa!

وَقَالُواْ مَالِ هَٰذَا ٱلرَّسُولِ يَأۡكُلُ ٱلطَّعَامَ وَيَمۡشِي فِي ٱلۡأَسۡوَاقِۗ لَوۡلَآ أُنزِلَ إِلَيۡهِ مَلَكٞ فَيَكُونَ مَعَهُۥ نَذِيرًا ٧

8. Canke Ikamumanurira amatungo menshi yotuma tumwemera, canke Ikamuha umurima uteye igomwe, agafungura ivyamwa vyawo ha kuja gusumira kw’isoko!”. Abirenganije mu kugarariza, baranavuze kandi babwira abameramana bati: “Ntimukurikira kiretse umuntu yarozwe bigatuma akehanirwa mu bwenge!”.

أَوۡ يُلۡقَىٰٓ إِلَيۡهِ كَنزٌ أَوۡ تَكُونُ لَهُۥ جَنَّةٞ يَأۡكُلُ مِنۡهَاۚ وَقَالَ ٱلظَّٰلِمُونَ إِن تَتَّبِعُونَ إِلَّا رَجُلٗا مَّسۡحُورًا ٨

9. Ntumwa y’Imana! Ehe raba na we ukuntu abagarariji bagutangako uburorero bw’irementanya kugira baguhakane, gutyo bagahuba inzira y’ukuri, eka ntibashoboye no kuronka inzira yo kwigobotora muri nya rementanya!

ٱنظُرۡ كَيۡفَ ضَرَبُواْ لَكَ ٱلۡأَمۡثَالَ فَضَلُّواْ فَلَا يَسۡتَطِيعُونَ سَبِيلٗا ٩

10. Ntumwa y’Imana! Harakubahwa Imana Allah Nyenimigisha-ntangere ku biremwa, Yo mu gihe Ishatse Yoguha ivyiza vyinshi gusumba ivyo bakwipfuriza, maze Ikaguha imirima itotahaye yo mu Bwami bw’ijuru, musi y’ibiti n’inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, Ikanaguha n’inyubakwa ziteye igomwe zigerekeranye.

تَبَارَكَ ٱلَّذِيٓ إِن شَآءَ جَعَلَ لَكَ خَيۡرٗا مِّن ذَٰلِكَ جَنَّٰتٖ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ وَيَجۡعَل لَّكَ قُصُورَۢا ١٠

11. Ababangikanyamana, ntibaguhakana rero kuko ufungura ukaja no gusumira kw’isoko, ahubwo bahakanye bivuye inyuma umusi w’izuka n’iharurirwa ry’ibiremwa. Burya, Twaranategekanirije abahakanye bivuye inyuma umusi w’izuka, ibihano vy’umuriro wama wegenyejwe;

بَلۡ كَذَّبُواْ بِٱلسَّاعَةِۖ وَأَعۡتَدۡنَا لِمَن كَذَّبَ بِٱلسَّاعَةِ سَعِيرًا ١١

12. Umuriro niwabona abahakanye umusi w’izuka bakiri kure yawo, uzotangura gucira amasase kubera ishavu ubafitiye, maze bawumve usuma.

إِذَا رَأَتۡهُم مِّن مَّكَانِۭ بَعِيدٖ سَمِعُواْ لَهَا تَغَيُّظٗا وَزَفِيرٗا ١٢

13. Nibatabwa ahantu haga cane muri nya muriro babohewe amaboko mw’izosi n’iminyororo, bazoca bisabira uguhona ngo bawuruhuke;

وَإِذَآ أُلۡقُواْ مِنۡهَا مَكَانٗا ضَيِّقٗا مُّقَرَّنِينَ دَعَوۡاْ هُنَالِكَ ثُبُورٗا ١٣

14. Bazoheza bahebuzwe mu kubwirwa bati: “Kuri uno musi, ntimwisabire rimwe gusa guhona, ahubwo nimwisabire kenshi guhona kuko nta buruhukiro namba mufise”.

لَّا تَدۡعُواْ ٱلۡيَوۡمَ ثُبُورٗا وَٰحِدٗا وَٱدۡعُواْ ثُبُورٗا كَثِيرٗا ١٤

15. Ntumwa y’Imana! Bwira abahakanyi uti: “Mbega none umuriro mubwirwa ko muzohanishwa ni wo mwiza, canke ni Ubwami bw’ijuru bwuzuye inema zidahera, bwasezeraniwe abagamburukiramana! Ubwo Bwami bw’ijuru rero, ni yo mpera y’ivyo bakoze, ni na yo maherezo yabo mu buzima bw’inyuma yo gupfa.

قُلۡ أَذَٰلِكَ خَيۡرٌ أَمۡ جَنَّةُ ٱلۡخُلۡدِ ٱلَّتِي وُعِدَ ٱلۡمُتَّقُونَۚ كَانَتۡ لَهُمۡ جَزَآءٗ وَمَصِيرٗا ١٥

16. Muri nya Bwami, bazoronswa ivyo bipfuza vyose ibihe bidahera. Iryo rero, ni ryo sezerano Imana yawe Rurema Allah Yiyemeje ku bagamburukiramana.

لَّهُمْ فِيهَا مَا يَشَآءُونَ خَٰلِدِينَۚ كَانَ عَلَىٰ رَبِّكَ وَعْدًا مَّسْـُٔولًا ﴿١٦﴾

17. Ku musi w'izuka, Imana Allah Izokwegeraniriza ababangikanyamana hamwe n'ibigirwamana basenga mu gishingo cayo, Iheze Ibaze ibigirwamana Iti: "Mbega ni mwebwe mwahubishije aba baja banje inzira y'ukuri mu kubabwiriza kubasenga, canke ni bo ubwabo bahisemwo guhuba maze barabasenga?".

وَيَوْمَ يَحْشُرُهُمْ وَمَا يَعْبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ فَيَقُولُ ءَأَنتُمْ أَضْلَلْتُمْ عِبَادِى هَٰٓؤُلَآءِ أَمْ هُمْ ضَلُّوا۟ ٱلسَّبِيلَ ﴿١٧﴾

18. Ibigirwamana bizokwishura biti: "Ukuninahazwa ni ukwawe Mana! Ntibikabe, ntitwari dukwiye namba kwigirira n'umwe mu bahagarikizi mu gishingo cawe, ariko Wararohereje ababangikanyamana hamwe n'abavyeyi babo, mu kubaronsa amatungo no kuroranirwa kw'isi gushika n'aho bakwibagira, baraheza barakubangikanya, bari n'abantu bakwiye guhona kubera ubugaba bwabo".

قَالُوا۟ سُبْحَٰنَكَ مَا كَانَ يَنۢبَغِى لَنَآ أَن نَّتَّخِذَ مِن دُونِكَ مِنْ أَوْلِيَآءَ وَلَٰكِن مَّتَّعْتَهُمْ وَءَابَآءَهُمْ حَتَّىٰ نَسُوا۟ ٱلذِّكْرَ وَكَانُوا۟ قَوْمًۢا بُورًا ﴿١٨﴾

19. Ababangikanyamana bazoheza babwirwe bati: "Ni ukuri, ibigirwamana mwasenga vyamaze kubiyamiriza mu kubihakana ko bitigeze bigira uruhara mw'ibangikanyamana ryanyu, ehe ntimushoboye no kwikingira ibihano, eka ntimunashoboye no kuvyikurako. Uwo wese rero yirenganije muri mwebwe mw'ibangikanyamana, maze agapfa akiyibangikanya, nta nkeka ko Twebwe Allah Tumuhonja ibihano rutura".

فَقَدْ كَذَّبُوكُم بِمَا تَقُولُونَ فَمَا تَسْتَطِيعُونَ صَرْفًا وَلَا نَصْرًا ۚ وَمَن يَظْلِم مِّنكُمْ نُذِقْهُ عَذَابًا كَبِيرًا ﴿١٩﴾

20. Ntumwa y'Imana! Ntitwigeze Dutuma aho hambere yawe n'umwe mu Ntumwa, kiretse ko zakomoka mu bantu, zafungura ivyokurya zikaja no gusumira kw'isoko. Twanagize abantu kuba igeragezwa ku bandi mu guhitamwo ubugororotsi canke ubuhuvyi, mu kuba abatunzi canke abakene, mu kuroranirwa mu magara canke gukikwa n'amagara, mbega none mwokwihangana mu gushira mu ngiro amabwirizwa y'Imana Allah mukazohembwa indishi nziza! Burya Imana yawe Rurema Allah, Yamye ari Nyenukubona, Irabona neza muri mwebwe uwihangana n'uwucika intege, uwushima inema zayo n'uwugarariza akizihakana.

وَمَآ أَرْسَلْنَا قَبْلَكَ مِنَ ٱلْمُرْسَلِينَ إِلَّآ إِنَّهُمْ لَيَأْكُلُونَ ٱلطَّعَامَ وَيَمْشُونَ فِى ٱلْأَسْوَاقِۗ وَجَعَلْنَا بَعْضَكُمْ لِبَعْضٍ فِتْنَةً أَتَصْبِرُونَۗ وَكَانَ رَبُّكَ بَصِيرًا ﴿٢٠﴾

21. Abatizeye ko inyuma yo gupfa bazohura na Twe Allah, baratangaye bavuga bati: "Burya Imana Allah, ntiyari gupfuma Itumanurira abamalayika bemeza ukuri kwa Muhamadi bakamwitsa, canke tukabona Imana yacu Rurema ukuri kwamye, Igaheza Ikatwibwirira ko Muhamadi ari Intumwa vy'ukuri!". Ni ukuri, barimonogoje mu kugira amanyama aho bubahutse kuvuga iryo jambo, baranarendegeye bararenza mu bugarariji.

۞ وَقَالَ ٱلَّذِينَ لَا يَرْجُونَ لِقَآءَنَا لَوْلَآ أُنزِلَ عَلَيْنَا ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ أَوْ نَرَىٰ رَبَّنَاۗ لَقَدِ ٱسْتَكْبَرُوا۟ فِىٓ أَنفُسِهِمْ وَعَتَوْ عُتُوًّا كَبِيرًا ﴿٢١﴾

يَوْمَ يَرَوْنَ ٱلْمَلَٰٓئِكَةَ لَا بُشْرَىٰ يَوْمَئِذٍ لِّلْمُجْرِمِينَ وَيَقُولُونَ حِجْرًا مَّحْجُورًا ﴿٢٢﴾

22. Umusi bazoba bari ku mpfiro bakabona abamalayika, no mu gihe bazoba bari mu mva, vyongeye no ku musi w'izuka, maze bakababona baremye uko batabaziga, uyo musi ntibazobaha inkuru ihumuriza namba, bazobaha inkuru y'incamugongo bati: "Ubwami bw'ijuru mubwibagire, ni ikizira kuri mwebwe!".

وَقَدِمْنَآ إِلَىٰ مَا عَمِلُوا۟ مِنْ عَمَلٍ فَجَعَلْنَٰهُ هَبَآءً مَّنثُورًا ﴿٢٣﴾

23. Tuzoheza rero Twebwe Allah, Dufate ivyo bakoze bibaza ko ari vyiza, Tubigire impfagusa bitumuke nk'inkungugu kuko bitigeze vyemerwa[1].

أَصْحَٰبُ ٱلْجَنَّةِ يَوْمَئِذٍ خَيْرٌ مُّسْتَقَرًّا وَأَحْسَنُ مَقِيلًا ﴿٢٤﴾

24. Kuri uwo musi w'izuka, abantu bo mu Bwami bw'ijuru, bazoronka ubushikiro bwiza buruta ubw'abantu bo mu muriro, bazoronka n'icumbi riteye igomwe.

وَيَوْمَ تَشَقَّقُ ٱلسَّمَآءُ بِٱلْغَمَٰمِ وَنُزِّلَ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ تَنزِيلًا ﴿٢٥﴾

25. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'umusi ijuru ryasadaguritse hakibonekeza mu migaga yaryo ibicu vyererana, abamalayika na bo bakamanuka ku bwinshi, kugira bakikuze ibiremwa kw'iyegeranirizo, maze Imana Allah Igaseruka mu buryo buberanye n'icubahiro cayo kugira Ibitunganirize.

ٱلْمُلْكُ يَوْمَئِذٍ ٱلْحَقُّ لِلرَّحْمَٰنِ ۚ وَكَانَ يَوْمًا عَلَى ٱلْكَٰفِرِينَ عَسِيرًا ﴿٢٦﴾

26. Inganji y'ubwami bw'ukuri kuri uyo musi, ni iya Nyenimpuhwe Allah; kandi nya musi, uzoba ugoye cane ku bagarariji bitewe n'ibihano bibarindiriye.

وَيَوْمَ يَعَضُّ ٱلظَّالِمُ عَلَىٰ يَدَيْهِ يَقُولُ يَٰلَيْتَنِى ٱتَّخَذْتُ مَعَ ٱلرَّسُولِ سَبِيلًا ﴿٢٧﴾

27. Ntumwa y'Imana! Ibuka kandi umusi umuntu yirenganije mw'igarariza, azokubita urutoke yihebuye akavuga ati: "Amagorwa arama yemwe! Ese iyo nkurikira Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu gukurikira inzira y'ubwislamu iganisha mu Bwami bw'ijuru!

يَٰوَيْلَتَىٰ لَيْتَنِى لَمْ أَتَّخِذْ فُلَانًا خَلِيلًا ﴿٢٨﴾

28. Karadereye yemwe! Iyo menya sinari gucudika na kanaka ngo ndamugire umugenzi pfampfe!

لَّقَدْ أَضَلَّنِى عَنِ ٱلذِّكْرِ بَعْدَ إِذْ جَآءَنِى ۗ وَكَانَ ٱلشَّيْطَٰنُ لِلْإِنسَٰنِ خَذُولًا ﴿٢٩﴾

29. Ni ukuri, yarampubishije mu kudakurikira Qor'ani kandi yaranshikiriye". Burya rero shetani, yamye ari umuhemu kuri kiremwa-muntu[2].

وَقَالَ ٱلرَّسُولُ يَٰرَبِّ إِنَّ قَوْمِى ٱتَّخَذُوا۟ هَٰذَا ٱلْقُرْءَانَ مَهْجُورًا ﴿٣٠﴾

30. Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaganyiye Imana Allah ku mabi yakozwe n'abantu bayo iti: "Mana yanje Rurema Allah! Mu

وَكَذَٰلِكَ جَعَلْنَا لِكُلِّ نَبِىٍّ عَدُوًّا مِّنَ ٱلْمُجْرِمِينَ ۗ وَكَفَىٰ بِرَبِّكَ هَادِيًا وَنَصِيرًا ﴿٣١﴾

31. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twakugeneye abansi bakurwanya mu bantu bawe - Twageneye Umuvugishwamana wese abansi mu bigaba vy'abantu biwe; bihanganire rero nk'uko na bo nyene babihanganiye.

---

[1] Igikorwa cose umuntu akoze kw'isi n'aho coba ciza, nta co kizomumarira mu buzima bw'inyuma yo gupfa, kiretse mu gihe nya muntu yoba yubahirije ibintu bibiri: ukwemera Imana Allah no kuzera indishi kuri Yo, hamwe rero no gukurikira Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu kungene ashira mu ngiro nya ciza.

[2] Izi Aayah zirihaniza umuntu kugira umugenzi mubi, kuko ashobora kumubera imvo imukwegera akarambaraye, akazoja mu muriro.

Burya Imana yawe Rurema Allah, Irakwiye kukubera Indongozi n'Umutabazi[1].

32. Abagararije bavuze bati: "Imana Allah, ntiyari gupfuma Imanurira rimwe Qor'ani kuri Muhamadi nka kurya Yamanuriye rimwe Tawurati, Injili na Zaburi!". Ntumwa y'Imana! Ni ukwo nyene rero Twakumanuriye Qor'ani bukebuke mu bihe bitandukanye, kugira Dutsimbataze umushaha wawe mu kuyizigama; Twaranayigutomoreye ido n'ido mu bwitonzi, ingingo ku yindi.

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لَوۡلَا نُزِّلَ عَلَيۡهِ ٱلۡقُرۡءَانُ جُمۡلَةٗ وَٰحِدَةٗۚ كَذَٰلِكَ لِنُثَبِّتَ بِهِۦ فُؤَادَكَۖ وَرَتَّلۡنَٰهُ تَرۡتِيلٗا ٣٢

33. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana, ntibazokwigera bakuzanira iciyumviro gitera abantu amazinda mu kwemera ukuri wazanye, kiretse ko Twebwe Allah Tuzoguha inyishu y'ukuri kandi itomoye bikwiye mu kubeshuza nya ciyumviro.

وَلَا يَأۡتُونَكَ بِمَثَلٍ إِلَّا جِئۡنَٰكَ بِٱلۡحَقِّ وَأَحۡسَنَ تَفۡسِيرًا ٣٣

34. Ababangikanyamana bazokwegerwa mu muriro wa Jahannamu bubitse inda, ni na bo rero bagenewe ikibanza kibi cane mu muriro, baranahuvye koko inzira y'ukuri.

ٱلَّذِينَ يُحۡشَرُونَ عَلَىٰ وُجُوهِهِمۡ إِلَىٰ جَهَنَّمَ أُوْلَٰٓئِكَ شَرّٞ مَّكَانٗا وَأَضَلُّ سَبِيلٗا ٣٤

35. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarahaye Musa Igitabu ca Tawurati, Turaheza Tumugirira na murumunawe Haruna kuba umufasha wiwe;

وَلَقَدۡ ءَاتَيۡنَا مُوسَى ٱلۡكِتَٰبَ وَجَعَلۡنَا مَعَهُۥٓ أَخَاهُ هَٰرُونَ وَزِيرٗا ٣٥

36. Ni ho Twababwira bompi Duti: "Nimugende rero kwa Firawuni hamwe n'abantu biwe, bahakanye bivuye inyuma ivyemezo vyerekana ubushobozi n'ubumana vyacu". Bamaze kugenda kubararikira ukwemera Imana Imwe Rudende Allah no kuyisenga batayibangikanya, baragararije maze Duca Turabahonya nya guhonya.

فَقُلۡنَا ٱذۡهَبَآ إِلَى ٱلۡقَوۡمِ ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا فَدَمَّرۡنَٰهُمۡ تَدۡمِيرٗا ٣٦

37. N'abantu barungikiwe Nuhu, igihe bahakana bivuye inyuma Nuhu bagafatwa nk'uko bahakanye Intumwa zose, Twabahonesheje isegenya. Ihanwa ryabo rero, Twarigize inkebuzo ku bantu; no ku musi w'izuka, Twabategekanirije ibihano bibabaza.

وَقَوۡمَ نُوحٖ لَّمَّا كَذَّبُواْ ٱلرُّسُلَ أَغۡرَقۡنَٰهُمۡ وَجَعَلۡنَٰهُمۡ لِلنَّاسِ ءَايَةٗۖ وَأَعۡتَدۡنَا لِلظَّٰلِمِينَ عَذَابًا أَلِيمٗا ٣٧

38. Twaranahoneje Bene Aadi barungikiwe Huudi, Bene Thamuudi barungikiwe Swalehe na Beniriba, hamwe rero n'iyindi migwi myinshi y'abantu yagiye irabaho hagati y'iyo migwi, ikagarariza Intumwa yarungikiwe;

وَعَادٗا وَثَمُودَاْ وَأَصۡحَٰبَ ٱلرَّسِّ وَقُرُونَۢا بَيۡنَ ذَٰلِكَ كَثِيرٗا ٣٨

39. Iyo migwi yose rero y'abantu, Twarayitomoreye ivyemezo vyacu kugira ntigire icitwazo co kutamenya. Hamwe n'ivyo, nya migwi yaragararije Duca Turayihonya nya guhonya.

وَكُلّٗا ضَرَبۡنَا لَهُ ٱلۡأَمۡثَالَۖ وَكُلّٗا تَبَّرۡنَا تَتۡبِيرٗا ٣٩

40. Ni ukuri, ababangikanyamana b'i Makka mu ruja n'uruza rwabo, baraciye ahari agacimbiri ka Saduma ahahoze haba abantu ba Luutwi, nya gacimbiri

وَلَقَدۡ أَتَوۡاْ عَلَى ٱلۡقَرۡيَةِ ٱلَّتِيٓ أُمۡطِرَتۡ مَطَرَ ٱلسَّوۡءِۚ أَفَلَمۡ يَكُونُواْ يَرَوۡنَهَاۚ

[1] Muri iyi Aayah, Imana Allah Iraremesha Umuvugishwamana wayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

kahoneshejwe mu guhabwa igihano co gucucagirwa amabuye azananye mu kirere, abantu ntibaheza ngo bikebuke ku vyo babonye, ahubwo ntibigeze bizera ko bazozuka bagahemberwa ivyo bakoze.

بَلْ كَانُواْ لَا يَرْجُونَ نُشُورًا ﴿٤٠﴾

41. Ntumwa y'Imana! Iyo abahakanyi bakubonye, baraguteburako n'agasuzuguro n'akantu bakavuga bati: "Mbega uyu ni we avuga ko yarungitswe n'Imana Allah kutubera Intumwa!

وَإِذَا رَأَوْكَ إِن يَتَّخِذُونَكَ إِلَّا هُزُوًا أَهَٰذَا ٱلَّذِى بَعَثَ ٱللَّهُ رَسُولًا ﴿٤١﴾

42. Ni ukuri, yahatswe kuduhubisha ku nyigisho ziwe zitubuza gusenga imana zacu iyo tutazitsimbatarako". Abahakanyi rero, bazoteba bamenye igihe babonye ibihano bategekanirijwe uwahuvye inzira y'idini ry'ukuri uwo ari we, ko ari bo canke ko ari Muhamadi!

إِن كَادَ لَيُضِلُّنَا عَنْ ءَالِهَتِنَا لَوْلَآ أَن صَبَرْنَا عَلَيْهَا ۚ وَسَوْفَ يَعْلَمُونَ حِينَ يَرَوْنَ ٱلْعَذَابَ مَنْ أَضَلُّ سَبِيلًا ﴿٤٢﴾

43. Ntumwa y'Imana! Mbega warabonye igitangaje gusumba! Ni uwagize ivyipfuzo vyiwe kuba ari yo mana yiwe yumvira; none umuntu nk'uyo, wewe womubera umuhagarikizi yotuma yemera Imana Allah!

أَرَءَيْتَ مَنِ ٱتَّخَذَ إِلَٰهَهُۥ هَوَىٰهُ أَفَأَنتَ تَكُونُ عَلَيْهِ وَكِيلًا ﴿٤٣﴾

44. Canke wibaza ko abenshi muri bo bumviriza Aayah za Qor'ani bakazizirikana, canke bakazitahura! Bo rero, ni nk'ibitungwa mu kutagira na kimwe ukwumviriza Qor'ani kubunguye, ahubwo mbere bo barahuvye cane inzira gusumba ihuba ry'ibitungwa.

أَمْ تَحْسَبُ أَنَّ أَكْثَرَهُمْ يَسْمَعُونَ أَوْ يَعْقِلُونَ ۚ إِنْ هُمْ إِلَّا كَٱلْأَنْعَٰمِ بَلْ هُمْ أَضَلُّ سَبِيلًا ﴿٤٤﴾

45. Muntu! Mbega ntubona ukuntu Imana yawe Rurema Allah, Ituma igitutu kigenda kiriyongera kuva mu mutwenzi gushika izuba riserutse! Iyo Imana Allah Ishaka, Yari gutuma nya gitutu kitiyongera ntikive aho kiri mu gukurikira izuba. Hanyuma rero Twebwe Allah, Twagize izuba kuba ikimenyetso cerekana ukwiyongera bukebuke kwa nya gitutu;

أَلَمْ تَرَ إِلَىٰ رَبِّكَ كَيْفَ مَدَّ ٱلظِّلَّ وَلَوْ شَآءَ لَجَعَلَهُۥ سَاكِنًا ثُمَّ جَعَلْنَا ٱلشَّمْسَ عَلَيْهِ دَلِيلًا ﴿٤٥﴾

46. Hanyuma Tukagenda Tugabanya nya gitutu bukebuke gushika giherengetere.

ثُمَّ قَبَضْنَٰهُ إِلَيْنَا قَبْضًا يَسِيرًا ﴿٤٦﴾

47. Imana Allah, ni Yo Yabagiriye ijoro kuba nk'impuzu ibapfuka umubiri iyo buhwibiye; Ibagirira n'itiro kuba uburuhuko bw'umubiri n'umutima; Ibagirira n'umurango kuba umwanya wo gukwiragira hirya n'ino kw'isi murondera ikibabeshaho.

وَهُوَ ٱلَّذِى جَعَلَ لَكُمُ ٱلَّيْلَ لِبَاسًا وَٱلنَّوْمَ سُبَاتًا وَجَعَلَ ٱلنَّهَارَ نُشُورًا ﴿٤٧﴾

48. Iyo Mana Allah, ni Yo Ituma umuyaga usunika ibicu, ugatanga umwizero w'imvura ko igira igwe ku burenganzira bwayo, maze ibiremwa bikaboneraho kuronka impuhwe zayo. Twaranatumye hagwa n'amazi y'imvura avuye mu bicu azananye mu kirere, amazi mushobora no gukoresha mu kwisukura;

وَهُوَ ٱلَّذِى أَرْسَلَ ٱلرِّيَٰحَ بُشْرًۢا بَيْنَ يَدَىْ رَحْمَتِهِۦ ۚ وَأَنزَلْنَا مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً طَهُورًا ﴿٤٨﴾

لِّنُحْيِۦَ بِهِۦ بَلْدَةً مَّيْتًا وَنُسْقِيَهُۥ مِمَّا خَلَقْنَآ أَنْعَٰمًا وَأَنَاسِيَّ كَثِيرًا ﴿٤٩﴾

49. Kugira Tunagishe kandi hakoreshejwe nya mazi y'imvura ibimera aho bitari; gutyo Dutotahaza isi yari yaramaze kugaduka, Duheze kandi Tunyweshe kuri nya mazi n'ibindi biremwa vyinshi Twaremye mu bitungwa no mu bantu.

وَلَقَدْ صَرَّفْنَٰهُ بَيْنَهُمْ لِيَذَّكَّرُوا۟ فَأَبَىٰٓ أَكْثَرُ ٱلنَّاسِ إِلَّا كُفُورًا ﴿٥٠﴾

50. Ni ukuri, Twaratumye imvura igwa mu karere kamwe igatara mu kandi, kugira ababa mu karere yaguyemwo bibuke gushimira Imana Allah, maze n'ababa mu karere nya mvura yataze baheze bikebuke bagaruke bigaye ku Mana Allah. Hamwe n'ivyo rero, abenshi mu bantu baranka guhitamwo kiretse ukugarariza inema z'Imana Allah.

وَلَوْ شِئْنَا لَبَعَثْنَا فِى كُلِّ قَرْيَةٍ نَّذِيرًا ﴿٥١﴾

51. Iyo rero Twebwe Allah Dushaka, Twari kurungika ku bantu bo muri buri gacimbiri Umugabisha abararikira ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, ariko rero Ntumwa y'Imana! Twakurungitse ku bantu bose kugira ubashikirize iyi Qor'ani.

فَلَا تُطِعِ ٱلْكَٰفِرِينَ وَجَٰهِدْهُم بِهِۦ جِهَادًا كَبِيرًا ﴿٥٢﴾

52. Ntumwa y'Imana! Ntukumvire rero abagarariji mu kureka gushikiriza na kimwe mu vyo wategetswe; ahubwo nyabuna, uragira akigoro kadasanzwe mu gushikiriza ubutumwa bw'Imana Allah, uheze witange utiziganya mu kugondoza abagarariji ukoresheje Qor'ani.

۞وَهُوَ ٱلَّذِى مَرَجَ ٱلْبَحْرَيْنِ هَٰذَا عَذْبٌ فُرَاتٌ وَهَٰذَا مِلْحٌ أُجَاجٌ وَجَعَلَ بَيْنَهُمَا بَرْزَخًا وَحِجْرًا مَّحْجُورًا ﴿٥٣﴾

53. Imana Allah ni Yo Yahuje amabahari abiri: iry'amazi y'akanovera atemba neza mu muhogo n'iry'amazi y'icunyunyu; Iraheza Ishira hagati ya nya mabahari, agakingo gatuma ubwoko bumwe bwose bw'amazi butavogera ubundi.

وَهُوَ ٱلَّذِى خَلَقَ مِنَ ٱلْمَآءِ بَشَرًا فَجَعَلَهُۥ نَسَبًا وَصِهْرًا ۗ وَكَانَ رَبُّكَ قَدِيرًا ﴿٥٤﴾

54. Ni na Yo Yaremye mu ruvange rw'intanga z'umugabo n'umugore uruvyaro rw'ababahungu n'abakobwa, Iraheza Ibagirira n'ubucuti hagati yabo; ubushingiye ku maraso n'ubushingiye ku gushingirana. Burya Imana yawe Rurema Allah, Yamye ari Mushoboravyose mu kurema ico Ishatse.

وَيَعْبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَا لَا يَنفَعُهُمْ وَلَا يَضُرُّهُمْ ۗ وَكَانَ ٱلْكَافِرُ عَلَىٰ رَبِّهِۦ ظَهِيرًا ﴿٥٥﴾

55. Hamwe n'ivyo vyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah mu kurema no mu kubeshaho ibiremwa, ntibibuza ko abagarariji basenga mu gishingo c'Imana Allah, ibigirwamana ata co bibamariye mu gihe babisenze, ata n'ico bibicira mu gihe batobisenga. Burya umugarariji, yamye ari umufasha wa shetani mu kubangikanya Imana yiwe Rurema Allah, no guca kubiri n'amabwirizwa yayo.

وَمَآ أَرْسَلْنَٰكَ إِلَّا مُبَشِّرًا وَنَذِيرًا ﴿٥٦﴾

56. Ntumwa y'Imana! Ntitwanagutumye atari ukugira ngo ube Intumwa ishikiriza inkuru nziza, ihumuriza abemeramana ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru, ikanagabisha abagarariji ku bihano vy'Imana Allah.

57. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abagarariji uti: "Nta mpembo ndabasavye kw'ishikirizabutumwa ryanje; ariko rero, uwushaka muri mwebwe gutumbera inzira y'ukuri imushikana ku Mana yiwe Rurema Allah, ni ku neza yiwe, nta we mpatira ku kwemera".

قُلْ مَآ أَسْـَٔلُكُمْ عَلَيْهِ مِنْ أَجْرٍ إِلَّا مَن شَآءَ أَن يَتَّخِذَ إِلَىٰ رَبِّهِۦ سَبِيلًا ﴿٥٧﴾

58. Ntumwa y'Imana! Niwishimikize Nyenubugingobudashira Imana Allah Idapfa, kuko ukwamaho kwayo ntikugira intango canke iherezo, wongere uninahaze Imana yawe Rurema mu kuyishimagiza. Burya Imana Allah, Irakwiye kuba Umuhetuziwavyose ku vyaha bikorwa n'ibiremwa vyayo, nta na kimwe muri vyo Iyobewe.

وَتَوَكَّلْ عَلَى ٱلْحَىِّ ٱلَّذِى لَا يَمُوتُ وَسَبِّحْ بِحَمْدِهِۦ ۚ وَكَفَىٰ بِهِۦ بِذُنُوبِ عِبَادِهِۦ خَبِيرًا ﴿٥٨﴾

59. Ni Yo Yaremye amajuru indwi n'isi hamwe n'ibiri hagati yavyo mu misi itandatu, hanyuma Iraheza Irahangama hejuru y'ibiremwa vyose ku Buhangamo bwayo "Al'Arsh" mu buryo buberanye n'icubahiro cayo. Ntumwa y'Imana! Ni Yo Nyenimpuhwe, urabaza rero Imana Allah Yo Yonyene ku biyiranga.

ٱلَّذِى خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ وَمَا بَيْنَهُمَا فِى سِتَّةِ أَيَّامٍ ثُمَّ ٱسْتَوَىٰ عَلَى ٱلْعَرْشِ ۛ ٱلرَّحْمَٰنُ فَسْـَٔلْ بِهِۦ خَبِيرًا ﴿٥٩﴾

60. Iyo abagarariji babwiwe bati: "Nimwubamire Nyenimpuhwe Allah maze mumusenge", baca binamura bakavuga bati: "Iyo Mana Allah Nyenimpuhwe nta Yo tuzi namba, dupfe kuyubamira gusa kuko ubidutegetse!"; iryo rarikirwa ryo kwubamira Nyenimpuhwe Allah, ryabongerereje ubugaba bwo kutikebuka ngo bemere[1].

وَإِذَا قِيلَ لَهُمُ ٱسْجُدُوا۟ لِلرَّحْمَٰنِ قَالُوا۟ وَمَا ٱلرَّحْمَٰنُ أَنَسْجُدُ لِمَا تَأْمُرُنَا وَزَادَهُمْ نُفُورًا ﴿٦٠﴾

61. Harakubahwa Nyenimigisha-ntangere, Imana Allah Ibeshejeho ibiremwa, Yo Yaremye mu kirere c'ijuru, inyenyeri amahanga zifise inzira-ntasobwa, Ishira muri nya kirere izuba ryaka n'ukwezi kumurika.

تَبَارَكَ ٱلَّذِى جَعَلَ فِى ٱلسَّمَآءِ بُرُوجًا وَجَعَلَ فِيهَا سِرَٰجًا وَقَمَرًا مُّنِيرًا ﴿٦١﴾

62. Ni na Yo Yagize ijoro n'umurango kuba bikurakuranwa mu kubisanya, kugira bibere inkebuzo uwushaka kwikebuka akemera Imana Allah Yabiremye, canke uwushaka kuyishimira ku nema zayo.

وَهُوَ ٱلَّذِى جَعَلَ ٱلَّيْلَ وَٱلنَّهَارَ خِلْفَةً لِّمَنْ أَرَادَ أَن يَذَّكَّرَ أَوْ أَرَادَ شُكُورًا ﴿٦٢﴾

63. Abaja beranda ba Nyenimpuhwe Allah, ni barya bagenda kw'isi mw'iteka n'itekane bicishije bugufi; n'iyo hagize abantu b'inshirasoni bababwira nabi, baraheza bakabishura mu bwitonzi ijambo ry'ihumure ritabata mu vyaha;

وَعِبَادُ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلَّذِينَ يَمْشُونَ عَلَى ٱلْأَرْضِ هَوْنًا وَإِذَا خَاطَبَهُمُ ٱلْجَٰهِلُونَ قَالُوا۟ سَلَٰمًا ﴿٦٣﴾

64. Abasenga kenshi amasengesho yo mu gicugu ku bw'Imana yabo Rurema Allah, bicishije bugufi mu gihe bubamye no mu gihe bahagaze;

وَٱلَّذِينَ يَبِيتُونَ لِرَبِّهِمْ سُجَّدًا وَقِيَٰمًا ﴿٦٤﴾

65. Abatakamba basaba Imana Allah bavuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Igiza kure yacu ibihano vy'umuriro wa

وَٱلَّذِينَ يَقُولُونَ رَبَّنَا ٱصْرِفْ عَنَّا عَذَابَ جَهَنَّمَ ۖ إِنَّ عَذَابَهَا كَانَ غَرَامًا ﴿٦٥﴾

[1] Iyo usomye iyi Aayah gushika ku mpera, usabwa guca wubama.

Jahannamu, mu vy'ukuri nta wutezurirwa ari mu bihano vyawo;

إِنَّهَا سَآءَتْ مُسْتَقَرًّا وَمُقَامًا ﴿٦٦﴾

66. Mu vy'ukuri Jahannamu, ni bwo bushikiro n'icumbi bibi cane";

وَٱلَّذِينَ إِذَآ أَنفَقُواْ لَمْ يُسْرِفُواْ وَلَمْ يَقْتُرُواْ وَكَانَ بَيْنَ ذَٰلِكَ قَوَامًا ﴿٦٧﴾

67. Abadasesagura iyo batanze mu matungo yabo canke ngo babe ingumyi, bagaheza rero bagatanga ku rugero ruri hagati na hagati;

وَٱلَّذِينَ لَا يَدْعُونَ مَعَ ٱللَّهِ إِلَٰهًا ءَاخَرَ وَلَا يَقْتُلُونَ ٱلنَّفْسَ ٱلَّتِى حَرَّمَ ٱللَّهُ إِلَّا بِٱلْحَقِّ وَلَا يَزْنُونَ ۚ وَمَن يَفْعَلْ ذَٰلِكَ يَلْقَ أَثَامًا ﴿٦٨﴾

68. Abasenga Imana Imwe Rudende Allah, batigera bayibangikanya n'ikigirwamana na kimwe, eka ntibicira ubusa n'ikiremwa Imana Allah Yaziririje ko cicwa; kiretse mu gihe hubahirijwe ukuri n'ingingo[1], kandi ntibanasambana. Uwuzokora kimwe muri ivyo vyaha rutura rero, azobihanirwa bikomeye mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

يُضَٰعَفْ لَهُ ٱلْعَذَابُ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ وَيَخْلُدْ فِيهِۦ مُهَانًا ﴿٦٩﴾

69. Aheze agwirizwe n'ibihano ku musi w'izuka, maze abibemwo asuzuguritse ibihe bidahera[2];

إِلَّا مَن تَابَ وَءَامَنَ وَعَمِلَ عَمَلًا صَٰلِحًا فَأُوْلَٰٓئِكَ يُبَدِّلُ ٱللَّهُ سَيِّـَٔاتِهِمْ حَسَنَٰتٍ ۗ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿٧٠﴾

70. Ariko uwuzokwigaya nya kwigaya akavavanura n'ivyo vyaha, maze akemera vy'ukuri akanakora n'ibikorwa vyiza bitegetswe, uyo rero azoba ari mu bantu Imana Allah Ibabarira ibicumuro vyabo, Ikabihindura ivyiza ha kuba ibibi. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo;

وَمَن تَابَ وَعَمِلَ صَٰلِحًا فَإِنَّهُۥ يَتُوبُ إِلَى ٱللَّهِ مَتَابًا ﴿٧١﴾

71. Uwuzokwigaya rero ku Mana Allah ku vyaha yakoze, agaheza agakora n'ivyiza bitegetswe, ni ukuri, azoba agarutse koko ku Mana Allah, kugira Imwakirire ukwigaya kwiwe, Iheze Imubabarire n'ivyaha vyiwe;

وَٱلَّذِينَ لَا يَشْهَدُونَ ٱلزُّورَ وَإِذَا مَرُّواْ بِٱللَّغْوِ مَرُّواْ كِرَامًا ﴿٧٢﴾

72. Abatigera baba ivyabona vy'ikinyoma, batanaja n'aho nya kinyoma gisasirwa indava; n'iyo baciye ahavugwa amajambo y'imburakimazi, baraheza bakarengana bakebura mw'iteka n'itekane;

وَٱلَّذِينَ إِذَا ذُكِّرُواْ بِـَٔايَٰتِ رَبِّهِمْ لَمْ يَخِرُّواْ عَلَيْهَا صُمًّا وَعُمْيَانًا ﴿٧٣﴾

73. Na barya iyo bibukijwe Aayah za Qor'ani hamwe n'ivyemezo vy'Imana yabo Rurema Allah, vyerekana ko hariho Imana Imwe Rudende Allah, batavyirengagiza nk'aho boba ari ibitumva canke ibipfamaso, ahubwo barazirikana nya Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, bagaheza bakicisha bugufi bakayubamira;

وَٱلَّذِينَ يَقُولُونَ رَبَّنَا هَبْ لَنَا مِنْ أَزْوَٰجِنَا وَذُرِّيَّٰتِنَا قُرَّةَ أَعْيُنٍ وَٱجْعَلْنَا لِلْمُتَّقِينَ إِمَامًا ﴿٧٤﴾

74. Abasaba Imana Allah bavuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Duhe ku bakenyezi bacu no ku ruvyaro rwacu, ibinezereye amaso bituma twamana akamwemwe, Unatugire indongozi z'imboneza zimurikira abagamburukiramana".

---

[1] Nko mu gihe umuntu avuye mw'idini inyuma y'aho yari umwemeramana, uwagiriwe n'ubusambanyi yari yubatse, hamwe rero n'uwishe umuntu ku karenganyo yabiteguye.
[2] Mu gihe yoba yakoze ivyo vyaha vyose, canke yarabangikanije Imana Allah.

أُوْلَٰٓئِكَ يُجْزَوْنَ ٱلْغُرْفَةَ بِمَا صَبَرُواْ وَيُلَقَّوْنَ فِيهَا تَحِيَّةً وَسَلَٰمًا ﴿٧٥﴾

75. Abo barangwa n'izo nyifato nziza rero, ni bo baja beranda ba Nyenimpuhwe Allah; bazohemberwa ku vyo bakoze, Ubwami bw'ijuru bw'iteka ku mpuhwe z'Imana Allah; ku kuntu bihanganiye igamburukiramana. Muri nya Bwami, bazokwakirwa n'indamutso y'amahoro bahawe n'abamalayika;

خَٰلِدِينَ فِيهَاۚ حَسُنَتْ مُسْتَقَرًّا وَمُقَامًا ﴿٧٦﴾

76. Bazoba muri nya Bwami ibihe bidahera, ni na bwo bushikiro n'icumbi vyiza cane.

قُلْ مَا يَعْبَؤُاْ بِكُمْ رَبِّى لَوْلَا دُعَآؤُكُمْۖ فَقَدْ كَذَّبْتُمْ فَسَوْفَ يَكُونُ لِزَامًا ﴿٧٧﴾

77. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abantu uti: "Imana yanje Rurema Allah nta co Yokwitwarariтse ku bantu, iyo hataba ukuyiyegereza mu vyo bakora vyose banayisenga bayisaba. Emwe bagarariji! Mu vy'ukuri, mwaramaze guhakana mwivuye inyuma; ihakana ryanyu, rizotuma muhabwa ibihano mutazopfa mwikuyemwo kw'isi, no mu buzima bw'inyuma yo gupfa".

26. As-Shu'araa-i (Abivuzi b'amazina)
Aayah 227, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

طسٓمٓ ﴿١﴾

1. Twaa Siin Miim[1].

تِلْكَ ءَايَٰتُ ٱلْكِتَٰبِ ٱلْمُبِينِ ﴿٢﴾

2. Izi, ni Aayah z'Igitabu Qor'ani gitomoye neza; mu nsiguro, mu ngingo z'ibirekuwe n'ibizira, no mu burongozi bwaco.

لَعَلَّكَ بَٰخِعٌ نَّفْسَكَ أَلَّا يَكُونُواْ مُؤْمِنِينَ ﴿٣﴾

3. Ntumwa y'Imana! Biragaragara ko utuntuzwa umutima n'uko abantu bataraba abemeramana ngo bagukurikire, mpore ntugatunture ku mutima!

إِن نَّشَأْ نُنَزِّلْ عَلَيْهِم مِّنَ ٱلسَّمَآءِ ءَايَةً فَظَلَّتْ أَعْنَٰقُهُمْ لَهَا خَٰضِعِينَ ﴿٤﴾

4. Twebwe Allah, Dushatse Twomanurira abaguhakana bivuye inyuma mu bantu warungitsweko, igitangaro kivuye mw'ijuru cotuma bemera ku nabi ku neza, maze bakama bicishije bugufi, ariko rero ntitwashatse ko biba ukwo, kuko ukwemera Imana Allah nya kwemera kuba ku bushake ata gahato kagiyemwo.

وَمَا يَأْتِيهِم مِّن ذِكْرٍ مِّنَ ٱلرَّحْمَٰنِ مُحْدَثٍ إِلَّا كَانُواْ عَنْهُ مُعْرِضِينَ ﴿٥﴾

5. Ababangikanyamana, ntibigera bashikirwa n'inkebuzo nshasha ivuye kwa Nyenimpuhwe Allah, ibabwiriza ivyo bakora n'ivyo bareka mu kwubahiriza idini ry'ukuri, kiretse ko birengagiza nya nkebuzo, bakayihakana bivuye inyuma, bakanayamirira kure.

فَقَدْ كَذَّبُواْ فَسَيَأْتِيهِمْ أَنۢبَٰٓؤُاْ مَا كَانُواْ بِهِۦ يَسْتَهْزِءُونَ ﴿٦﴾

6. Ni ukuri, ababangikanyamana barahakanye Qor'ani baranayiteburako. Kubera ivyo rero, bitebe bitebuke, bazoshikirwa n'ukuri kw'inkuru z'ivyo bateburako, maze bahanwe.

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

7. Mbega ntibaraba isi ngo babone ukuntu Twayinagishijeko ibimera vyinshi ngirakamaro, biri mu bwoko bwose bw'ibiterwa n'ivyimeza, ata wushoboye kubinagisha atari Imana Allah!

أَوَلَمْ يَرَوْا۟ إِلَى ٱلْأَرْضِ كَمْ أَنۢبَتْنَا فِيهَا مِن كُلِّ زَوْجٍ كَرِيمٍ ﴿٧﴾

8. Mu vy'ukuri mw'inagishwa ry'ivyo vyose, ni ukuri harimwo icemezo cerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, burya abenshi mu bantu, si abemeramana namba;

إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَةً ۖ وَمَا كَانَ أَكْثَرُهُم مُّؤْمِنِينَ ﴿٨﴾

9. Kandi mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri, ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِنَّ رَبَّكَ لَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ﴿٩﴾

10. Ntumwa y'Imana! Cira agace abo warungitsweko ku nkuru ya Musa, igihe Imana yawe Rurema Allah Yahamagara Musa Iti: "Genda ku bantu birenganije;

وَإِذْ نَادَىٰ رَبُّكَ مُوسَىٰٓ أَنِ ٱئْتِ ٱلْقَوْمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٠﴾

11. Abantu ba Firawuni, maze ubararikire kugamburukira Imana Allah mu gushira mu ngiro amabwirizwa yayo".

قَوْمَ فِرْعَوْنَ ۚ أَلَا يَتَّقُونَ ﴿١١﴾

12. Musa yavuze ati: "Mana yanje Rurema Allah! Jewe ndafise impungenge ko bohakana bivuye inyuma ubutumwa ndabazaniye;

قَالَ رَبِّ إِنِّىٓ أَخَافُ أَن يُكَذِّبُونِ ﴿١٢﴾

13. Ngatuntuzwa n'uko bangararije, kandi n'ururimi rwanje ntirutomora bikwiye, ndagusavye rero Uhe ubutumwa murumunanje Haruna kugira anshigikire, yongere anyunganire mu kubumvisha ubutumwa nzoba ndabashikirije;

وَيَضِيقُ صَدْرِى وَلَا يَنطَلِقُ لِسَانِى فَأَرْسِلْ إِلَىٰ هَٰرُونَ ﴿١٣﴾

14. Hari n'igicumuro nabakoreye co kwica umuntu mu Banyagiputa, ndatinya rero ko boca bamwihorera, bakanyica".

وَلَهُمْ عَلَىَّ ذَنۢبٌ فَأَخَافُ أَن يَقْتُلُونِ ﴿١٤﴾

15. Imana Allah Yabwiye Musa Iti: "Ihibambewe! Tekana nta co bazokugira. Na murumunawe Haruna Tumugize Intumwa, nimugende rero uko muri babiri mwitwaje ibitangaro vyacu Twebwe Allah, vyerekana ukuri kwanyu; mu vy'ukuri, Turi kumwe na mwe ku bumenyi bwacu no mu kubabungabunga, Turumviriza n'ivyo mushikiriza;

قَالَ كَلَّا ۖ فَٱذْهَبَا بِـَٔايَٰتِنَآ ۖ إِنَّا مَعَكُم مُّسْتَمِعُونَ ﴿١٥﴾

16. Enda nyabuna rero, nimugende kwa Firawuni, maze mumubwire muti: "Twebwe mu vy'ukuri, turi Intumwa zirungitswe n'Imana yawe Rurema Allah kuri wewe no ku bantu bawe;

فَأْتِيَا فِرْعَوْنَ فَقُولَآ إِنَّا رَسُولُ رَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿١٦﴾

17. Ko wobohora Bene Israyeli ukareka kubacinyiza, tugaheza rero tukabarongora mu nzira y'Imana Allah, bakadukurikira"".

أَنْ أَرْسِلْ مَعَنَا بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ﴿١٧﴾

18. Firawuni yishuye Musa n'agashinyaguro n'akantu ati: "Mbega uribagiye ko twakurereye ng'aha kuva ukiri uruyoya, uraheza ubana na twe imyaka n'iyindi!

قَالَ أَلَمْ نُرَبِّكَ فِينَا وَلِيدًا وَلَبِثْتَ فِينَا مِنْ عُمُرِكَ سِنِينَ ﴿١٨﴾

19. Uraheza ukora igicumuro co kwica Umunyagiputa igihe winamura umukubita igipfunsi, aca ararambarara! Ako, ni ko gashimwe wampaye ku ciza nagukoreye co kukurera!”.

وَفَعَلْتَ فَعْلَتَكَ ٱلَّتِى فَعَلْتَ وَأَنتَ مِنَ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿١٩﴾

20. Musa araheza yishura Firawuni ati: “Nimba ico gicumuro naragikoze, sinari bwahishurirwe kuba Intumwa!

قَالَ فَعَلْتُهَآ إِذًا وَأَنَا۠ مِنَ ٱلضَّآلِّينَ ﴿٢٠﴾

21. Ni naho nata nkomoka mpungira i Madiyana, ku gutinya ko mwonyica mwihorera Umunyagiputa wanyu nishe kw’isanganya; mu nyuma, Imana yanje Rurema Allah Yahavuye Impa ubutumwa n’ubumenyi, maze Ingira Intumwa mu zindi;

فَفَرَرْتُ مِنكُمْ لَمَّا خِفْتُكُمْ فَوَهَبَ لِى رَبِّى حُكْمًا وَجَعَلَنِى مِنَ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿٢١﴾

22. Iryo rererwa ryanje iwawe na ryo unshinyagurizako, ryabaye kugira ngo ubandanye ucura bufuni na buhoro Bene Israyeli!”.

وَتِلْكَ نِعْمَةٌ تَمُنُّهَا عَلَىَّ أَنْ عَبَّدتَّ بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ﴿٢٢﴾

23. Firawuni yahavuye abaza Musa ati: “Imana Rurema w’ibiremwa vyose Yakurungitse, ni igiki?”.

قَالَ فِرْعَوْنُ وَمَا رَبُّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٢٣﴾

24. Musa yavuze yishura Firawuni ati: “Ni Imana Rurema, Umubungabunzi w’amajuru n’isi hamwe n’ibiri hagati yavyo; nimwaba rero muzi neza ivyo, nimuyemere”.

قَالَ رَبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَمَا بَيْنَهُمَآ ۖ إِن كُنتُم مُّوقِنِينَ ﴿٢٤﴾

25. Firawuni arinamura abwira abubahwa bari ng’aho bamukikije ati: “Muranyumvira ako kamaramaza ka Musa, aho yubahuka akavuga ko hari iyindi mana atari jewe!”.

قَالَ لِمَنْ حَوْلَهُۥٓ أَلَا تَسْتَمِعُونَ ﴿٢٥﴾

26. Musa yarongeye avuga kandi ati: “Imana ndabararikira kwemera, ni Imana yanyu Rurema Allah Yabaremye, Ikanarema ba so mukomokako”.

قَالَ رَبُّكُمْ وَرَبُّ ءَابَآئِكُمُ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿٢٦﴾

27. Firawuni n’ishavu n’akantu asubizayo anebagura Musa ati: “Mu vy’ukuri Intumwa yanyu mwarungikiwe, ni ukuri, ni umusazi, ivuga ibitaroranye namba”.

قَالَ إِنَّ رَسُولَكُمُ ٱلَّذِىٓ أُرْسِلَ إِلَيْكُمْ لَمَجْنُونٌ ﴿٢٧﴾

28. Musa arongera ati: “Imana ndabararikira kwemera, ni Imana Rurema Yaremye ubuseruko n’uburengero hamwe n’ibiri hagati yavyo; Irema n’umuco n’umuzimagiza. Ivyo rero, bikaba ari ivyemezo vy’uko ari Yo Ikwiye kwemerwa no gusengwa ari Imwe Rudende nimwaba mutegera neza ububasha bwayo”.

قَالَ رَبُّ ٱلْمَشْرِقِ وَٱلْمَغْرِبِ وَمَا بَيْنَهُمَآ ۖ إِن كُنتُمْ تَعْقِلُونَ ﴿٢٨﴾

29. Firawuni aca avuga n’iterabwoba n’akantu yihaniza Musa ati: “Niwigenera Iyindi Mana atari jewe, ni ukuri ntegerezwa kuguta mw’ibohero hamwe n’abandi”.

قَالَ لَئِنِ ٱتَّخَذْتَ إِلَٰهًا غَيْرِى لَأَجْعَلَنَّكَ مِنَ ٱلْمَسْجُونِينَ ﴿٢٩﴾

30. Musa asubizayo ati: “Mbega uraheza unte mw’ibohero hamwe n’abandi, n’aho nokuzanira icemezo gitomoye ko ndi mu kuri!”.

قَالَ أَوَلَوْ جِئْتُكَ بِشَىْءٍ مُّبِينٍ ﴿٣٠﴾

31. Firawuni aca asaba Musa ko yozana icemezo ati: “Enda nyabuna rero, zana ico cemezo ku vyo uvuga niwaba uri mu mvugakuri ko uri Intumwa vy’ukuri”.

قَالَ فَأْتِ بِهِۦٓ إِن كُنتَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ﴿٣١﴾

32. Ni ho rero Musa yaterera inkoni yiwe hasi, ica ihinduka inzoka amahanga yigendera, abantu birabira;

فَأَلْقَىٰ عَصَاهُ فَإِذَا هِيَ ثُعْبَانٌ مُّبِينٌ ﴿٣٢﴾

33. Araheza kandi ashira ikiganza ciwe mu kwaha, agize ngo aragikuyeyo, caje cererana gisayangana cane abari ng'aho birabira, barumirwa.

وَنَزَعَ يَدَهُۥ فَإِذَا هِيَ بَيْضَآءُ لِلنَّٰظِرِينَ ﴿٣٣﴾

34. Firawuni aca agira impungenge z'uko abunganizi bari ng'aho bamukikije, bohava banyurwa bakemera, araheza ababwira ati: "Mu vy'ukuri, Musa nta nkeka ko ari umukonikoni karuhariwe;

قَالَ لِلْمَلَإِ حَوْلَهُۥٓ إِنَّ هَٰذَا لَسَٰحِرٌ عَلِيمٌ ﴿٣٤﴾

35. Ashaka kubomora mwese abakure mu gihugu canyu akoresheje ubukonikoni bwiwe, none rero mumpanuye ko nokora iki?".

يُرِيدُ أَن يُخْرِجَكُم مِّنْ أَرْضِكُم بِسِحْرِهِۦ فَمَاذَا تَأْمُرُونَ ﴿٣٥﴾

36. Abunganizi bari hambavu ya Firawuni bavuze bamuhanura bati: "Musa na murumunawe Haruna, bahe irindi sango ryo guhurirako, maze utume abararika abantu mu bisagara vyose vyo muri Misiri;

قَالُوٓاْ أَرْجِهْ وَأَخَاهُ وَٱبْعَثْ فِي ٱلْمَدَآئِنِ حَٰشِرِينَ ﴿٣٦﴾

37. Baheze begeranye zina mukonikoni wese karuhariwe, bamukuzanire".

يَأْتُوكَ بِكُلِّ سَحَّارٍ عَلِيمٍ ﴿٣٧﴾

38. Ni ho rero abakonikoni bose bakoranirizwa hamwe ku musi w'isango nyezina[1];

فَجُمِعَ ٱلسَّحَرَةُ لِمِيقَٰتِ يَوْمٍ مَّعْلُومٍ ﴿٣٨﴾

39. Abararitsi baraheza bararika abantu bati: "Nyabuna nyabuna nimwitabire ikoraniro ku bwinshi kugira mushigikire abakonikoni!

وَقِيلَ لِلنَّاسِ هَلْ أَنتُم مُّجْتَمِعُونَ ﴿٣٩﴾

40. Hari n'aho twotsimbatara kw'idini rya Firawuni, tugakurikira abakonikoni mu gihe boramuka batsinze".

لَعَلَّنَا نَتَّبِعُ ٱلسَّحَرَةَ إِن كَانُواْ هُمُ ٱلْغَٰلِبِينَ ﴿٤٠﴾

41. Umusi w'isango ugeze, nya bakonikoni karuhariwe bariyegeranije bashika kwa Firawuni, bamubaza bati: "Mbega none, ubwo duhava turonka agashimwe gashimishije, nitwaramuka dutsinze Musa?".

فَلَمَّا جَآءَ ٱلسَّحَرَةُ قَالُواْ لِفِرْعَوْنَ أَئِنَّ لَنَا لَأَجْرًا إِن كُنَّا نَحْنُ ٱلْغَٰلِبِينَ ﴿٤١﴾

42. Firawuni na we abishura ati: "Ego cane! Kandi muri ico gihe muzoba muri no mu batoni b'abishikira bari hambavu yanje".

قَالَ نَعَمْ وَإِنَّكُمْ إِذًا لَّمِنَ ٱلْمُقَرَّبِينَ ﴿٤٢﴾

43. Musa yabariye nya bakonikoni ashaka ko ikinyoma gikubitirwa ahashashe ati: "Nimuterere hasi ivyo mushaka mu bukonikoni bwanyu".

قَالَ لَهُم مُّوسَىٰٓ أَلْقُواْ مَآ أَنتُم مُّلْقُونَ ﴿٤٣﴾

44. Ni ho rero nya bakonikoni baterera imizana n'inkoni vyabo hasi, barahunika abantu bose bari ng'aho, ntibaba bakibona nya mizana na nya nkoni nk'uko bisanzwe, ahubwo babona inzoka, baraheza barahira kw'izina rya Firawuni bavuga bati: "Mu cubahiro ca Firawuni, ni ukuri dutegerezwa gutsinda Musa".

فَأَلْقَوْاْ حِبَالَهُمْ وَعِصِيَّهُمْ وَقَالُواْ بِعِزَّةِ فِرْعَوْنَ إِنَّا لَنَحْنُ ٱلْغَٰلِبُونَ ﴿٤٤﴾

[1] Hari ku musi w'ihimbazwa ry'ibirori, igihe abantu bambaye bakaberwa, bakaba bakoranye mu gitondo bavuye mu mihingo yose y'igihugu ca Misiri.

45. Ni ho Musa rero yaterera inkoni yiwe hasi, nya nkoni ica ihinduka inzoka amahanga yigendera, ya nzoka ica imiragura ivyo batereye hasi vyose, ivyari vyakanze abantu babona ko ari inzoka vy'ukuri kandi ari ikinyoma ceruye.

فَأَلْقَىٰ مُوسَىٰ عَصَاهُ فَإِذَا هِيَ تَلْقَفُ مَا يَأْفِكُونَ ﴿٤٥﴾

46. Ba bakonikoni bamaze kubona ico gitangaro c'inkoni, baciye bubamira Imana Allah;

فَأُلْقِيَ ٱلسَّحَرَةُ سَٰجِدِينَ ﴿٤٦﴾

47. Bavuga bati: "Twemeye Imana Rurema, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;

قَالُوٓاْ ءَامَنَّا بِرَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٤٧﴾

48. Imana Rurema ya Musa na murumunawe Haruna".

رَبِّ مُوسَىٰ وَهَٰرُونَ ﴿٤٨﴾

49. Firawuni n'ishavu n'akantu yaciye avuga abiyamiriza ati: "Mbega karashize ingani mwemere Iyo Mana ya Musa, imbere yuko ndabibarekurira! Mu vy'ukuri biragaragaye ko Musa, ari we mukuru wanyu yabigishije ubukonikoni. Kubera ivyo rero, mugiye kwibonerako ayo imbwa yaboneye ku mugezi; ntegerezwa kubaca amaboko n'amaguru binyuranije; ndabace ukuboko kw'ukuryo hamwe n'ukuguru kw'ukubamfu, ukuboko kw'ukubamfu hamwe n'ukuguru kw'ukuryo, hanyuma mpeze ndababambe mwese ku bishitsi vy'igiti".

قَالَ ءَامَنتُمْ لَهُۥ قَبْلَ أَنْ ءَاذَنَ لَكُمْ ۖ إِنَّهُۥ لَكَبِيرُكُمُ ٱلَّذِى عَلَّمَكُمُ ٱلسِّحْرَ فَلَسَوْفَ تَعْلَمُونَ ۚ لَأُقَطِّعَنَّ أَيْدِيَكُمْ وَأَرْجُلَكُم مِّنْ خِلَٰفٍ وَلَأُصَلِّبَنَّكُمْ أَجْمَعِينَ ﴿٤٩﴾

50. Ba bakonikoni, baraheza bishura Firawuni bati: "Nta co bidutwaye namba, twebwe mu vy'ukuri, uramutse utwishe dusubira ku Mana yacu Rurema Allah;

قَالُواْ لَا ضَيْرَ ۖ إِنَّآ إِلَىٰ رَبِّنَا مُنقَلِبُونَ ﴿٥٠﴾

51. Mu vy'ukuri, twebwe turizeye ko Imana yacu Rurema Allah, Itugumiriza akabanga, Ikatubabarira ivyaha vyacu, kuko tubaye aba mbere bayemeye mu bantu bawe".

إِنَّا نَطْمَعُ أَن يَغْفِرَ لَنَا رَبُّنَا خَطَٰيَٰنَآ أَن كُنَّآ أَوَّلَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٥١﴾

52. Ni ho rero Twebwe Allah Twahishurira Musa Tumubwira Duti: "Genda muri iri joro ujanye abaja banje bemeye muri Bene Israyeli, kuko mu vy'ukuri Firawuni n'ingabo ziwe, bahava babakurikira ngo babafate imbere yuko mujabuka ibahari".

۞وَأَوْحَيْنَآ إِلَىٰ مُوسَىٰٓ أَنْ أَسْرِ بِعِبَادِىٓ إِنَّكُم مُّتَّبَعُونَ ﴿٥٢﴾

53. Firawuni yaciye arungika abararitsi mu bisagara vyose kwegeranya ingabo ziwe;

فَأَرْسَلَ فِرْعَوْنُ فِى ٱلْمَدَآئِنِ حَٰشِرِينَ ﴿٥٣﴾

54. Araheza avuga ati: "Bene Israyeli bahunganye na Musa, ni akagwi k'abantu bari ku rushi, bagayitse;

إِنَّ هَٰٓؤُلَآءِ لَشِرْذِمَةٌ قَلِيلُونَ ﴿٥٤﴾

55. Kandi mu vy'ukuri, baraduteye ishavu ryinshi ku guca kubiri n'idini ryacu;

وَإِنَّهُمْ لَنَا لَغَآئِظُونَ ﴿٥٥﴾

56. Na twe rero turarikanuye ntibaducarukana".

وَإِنَّا لَجَمِيعٌ حَٰذِرُونَ ﴿٥٦﴾

57. Ni ho rero Twebwe Allah, Twakura Firawuni hamwe n'abantu biwe mu gihugu ca Misiri kirangwa n'imirima itotahaye n'amazi y'amariba atemba;

فَأَخْرَجْنَٰهُم مِّن جَنَّٰتٍ وَعُيُونٍ ﴿٥٧﴾

58. Hari n'ibigega vy'ubutunzi n'inyubakwa ziteye igomwe.

وَكُنُوزٍ وَمَقَامٍ كَرِيمٍ ﴿٥٨﴾

59. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twabakuye muri ico gihugu ca Misiri - Twahavuye Tukiraga mu nyuma Bene Israyeli.

كَذَٰلِكَ ۖ وَأَوْرَثْنَاهَا بَنِيٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ﴿٥٩﴾

60. Firawuni rero hamwe n'ingabo ziwe, bahavuye bakurikira Musa n'abo bari kumwe mu mutwenzi.

فَأَتْبَعُوهُم مُّشْرِقِينَ ﴿٦٠﴾

61. Bamaze guhura na bo amaso mu yandi, abantu ba Musa n'ubwoba n'akantu bavuze bati: "Musa, ni ukuri abantu ba Firawuni nta kibuza baradufashe, turahonye!".

فَلَمَّا تَرَٰٓءَا ٱلْجَمْعَانِ قَالَ أَصْحَٰبُ مُوسَىٰٓ إِنَّا لَمُدْرَكُونَ ﴿٦١﴾

62. Musa yabishuye ati: "Kizire, ntibagenda babafashe namba kuko ndi kumwe n'Imana yanje Rurema Allah mu kuntabara, Irandongora inzira idukura muri aka kaga".

قَالَ كَلَّآ ۖ إِنَّ مَعِىَ رَبِّى سَيَهْدِينِ ﴿٦٢﴾

63. Ni ho rero Twebwe Allah Twahishurira Musa Tumubwira Duti: "Kubita iyo nkoni yawe kw'ibahari". Ubwo nyene ya bahari yicamwo inzira cumi na zibiri; zihuriranye n'igitigiri kingana n'amoko ya Bene Israyeli, maze igice cose c'ibahari kigabura inzira n'iyindi kiba nk'umusozi amahanga.

فَأَوْحَيْنَآ إِلَىٰ مُوسَىٰٓ أَنِ ٱضْرِب بِّعَصَاكَ ٱلْبَحْرَ ۖ فَٱنفَلَقَ فَكَانَ كُلُّ فِرْقٍ كَٱلطَّوْدِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٦٣﴾

64. Aho rero, ni ho Twashorera Firawuni n'ingabo ziwe gushika n'aho binjira mw'ibahari bibwira ngo bakurikiye Musa n'abo bari kumwe;

وَأَزْلَفْنَا ثَمَّ ٱلْـَٔاخَرِينَ ﴿٦٤﴾

65. Turaheza Turokora Musa n'abo bari kumwe bose, barajabuka amahoro gushika ku rundi ruhande rw'ibahari.

وَأَنجَيْنَا مُوسَىٰ وَمَن مَّعَهُۥٓ أَجْمَعِينَ ﴿٦٥﴾

66. Mu nyuma, ni ho nya bahari yasubira guterana, maze Twebwe Allah Duca Dusomesha nturi Firawuni n'ingabo ziwe, bahonera rimwe.

ثُمَّ أَغْرَقْنَا ٱلْـَٔاخَرِينَ ﴿٦٦﴾

67. Mu vy'ukuri, muri ivyo vyashikiye Firawuni n'ingabo ziwe, ni ukuri harimwo inkebuzo yerekena koko ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah. Hamwe n'ivyo rero, abenshi mu bakurikira Firawuni ntibahavuye bemera.

إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَةً ۖ وَمَا كَانَ أَكْثَرُهُم مُّؤْمِنِينَ ﴿٦٧﴾

68. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِنَّ رَبَّكَ لَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ﴿٦٨﴾

69. Ntumwa y'Imana! Cira ku mayange abagarariji, inkuru ya Ibrahimu;

وَٱتْلُ عَلَيْهِمْ نَبَأَ إِبْرَٰهِيمَ ﴿٦٩﴾

70. Igihe yabwira se hamwe n'abantu biwe ati: "Ni igiki musenga?".

إِذْ قَالَ لِأَبِيهِ وَقَوْمِهِۦ مَا تَعْبُدُونَ ﴿٧٠﴾

71. Bavuze bamwishura bati: "Dusenga ibigirwamana, tugaheza tukavyiyegurira".

قَالُوا۟ نَعْبُدُ أَصْنَامًا فَنَظَلُّ لَهَا عَٰكِفِينَ ﴿٧١﴾

72. Ibrahimu yababwiye abanebagura ati: "None burya, ivyo bigirwamana biraheza bikabumvira igisabisho iyo mubisavye?

قَالَ هَلْ يَسْمَعُونَكُمْ إِذْ تَدْعُونَ ﴿٧٢﴾

73. Canke bikagira ico bibamariye iyo mubisenze? Canke bikagira ico bibiciye iyo mutabisenze?".

أَوْ يَنفَعُونَكُمْ أَوْ يَضُرُّونَ ﴿٧٣﴾

74. Bavuze bamwishura bati: “Eka nta na kimwe tuziga kuri ivyo bigirwamana! Ahubwo twasanze abavyeyi bacu babisenga, na twe tubisenga ukwo”.	قَالُواْ بَلۡ وَجَدۡنَآ ءَابَآءَنَا كَذَٰلِكَ يَفۡعَلُونَ ٧٤
75. Ibrahimu yavuze ati: “Mbe burya mararaba mukazirikana ivyo musenga;	قَالَ أَفَرَءَيۡتُم مَّا كُنتُمۡ تَعۡبُدُونَ ٧٥
76. Mwebwe hamwe n’abavyeyi banyu b’abakurambere!	أَنتُمۡ وَءَابَآؤُكُمُ ٱلۡأَقۡدَمُونَ ٧٦
77. Mu vy’ukuri ivyo musenga mu gishingo c'Imana Allah, vyose ni abansi kuri jewe, ariko Imana Rurema w’ibiremwa vyose, ni Yo gusa nsenga;	فَإِنَّهُمۡ عَدُوّٞ لِّيٓ إِلَّا رَبَّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٧٧
78. Ni Yo Yandemye mw’ishusho ryiza, Iraheza Irandongora mu gukora ibimfitiye akamaro kw’isi no mu buzima bw’inyuma yo gupfa;	ٱلَّذِي خَلَقَنِي فَهُوَ يَهۡدِينِ ٧٨
79. Ni na Yo Indonsa imfugurwa Ikandonsa n’ico nywa;	وَٱلَّذِي هُوَ يُطۡعِمُنِي وَيَسۡقِينِ ٧٩
80. N’iyo ndwaye, ni Yo Inkiza nkaroranirwa mu magara;	وَإِذَا مَرِضۡتُ فَهُوَ يَشۡفِينِ ٨٠
81. Ni na Yo Inyaka ubuzima kw’isi ngapfa, hanyuma Ikazonsubiza kandi ubuzima ku musi w’izuka, nkazuka;	وَٱلَّذِي يُمِيتُنِي ثُمَّ يُحۡيِينِ ٨١
82. Ni na Yo nizeye ko Ingumiriza akabanga Ikazombabarira ivyaha vyanje ku musi w’impera”.	وَٱلَّذِيٓ أَطۡمَعُ أَن يَغۡفِرَ لِي خَطِيٓـَٔتِي يَوۡمَ ٱلدِّينِ ٨٢
83. Ibrahimu yavuze asaba ati: “Mana yanje Rurema Allah! Mpa ubumenyi no gutahura bikwiye, Wongere Unkurikize aberanda tuzohurira mu Bwami bw’ijuru;	رَبِّ هَبۡ لِي حُكۡمٗا وَأَلۡحِقۡنِي بِٱلصَّٰلِحِينَ ٨٣
84. Umpe no kuyagwa neza n’abantu mu bazokurikira gushika ku musi w’iherezo;	وَٱجۡعَل لِّي لِسَانَ صِدۡقٖ فِي ٱلۡأٓخِرِينَ ٨٤
85. Unshire no mu baja bawe Wageneye Ubwami bw’ijuru bwuzuye inema;	وَٱجۡعَلۡنِي مِن وَرَثَةِ جَنَّةِ ٱلنَّعِيمِ ٨٥
86. Urongore n’umuvyeyi wanje mu nzira yawe, maze Umugumirize akabanga, Umubabarire ivyaha vyiwe; mu vy’ukuri, yari mu bantu bahuvye[1];	وَٱغۡفِرۡ لِأَبِيٓ إِنَّهُۥ كَانَ مِنَ ٱلضَّآلِّينَ ٨٦
87. Kandi ntuzontetereze umusi ibiremwa vyazutse kugira biharurirwe, maze bigahemberwa ivyo vyakoze;	وَلَا تُخۡزِنِي يَوۡمَ يُبۡعَثُونَ ٨٧
88. Umusi amatungo n’ibibondo ata na kimwe bizomarira umuntu;	يَوۡمَ لَا يَنفَعُ مَالٞ وَلَا بَنُونَ ٨٨
89. Kiretse umuntu azoza ku Mana Allah arangwa n’umutima wejejwe ubugarariji n’uburyarya”.	إِلَّا مَنۡ أَتَى ٱللَّهَ بِقَلۡبٖ سَلِيمٖ ٨٩
90. Kuri nya musi rero, Ubwami bw’ijuru buzokwegerezwa abagamburukiramana;	وَأُزۡلِفَتِ ٱلۡجَنَّةُ لِلۡمُتَّقِينَ ٩٠

[1] Iki gisabisho, Ibrahimu yagisabiye se kuko yari yamusezeraniye ko amusabira ku Mana Allah, hari imbere yuko se agaragariza Ibrahimu ko atarota avavanura n’igarariza hamwe n’ibangikanyamana gushika gupfa; ico gihe rero, Ibrahimu yaciye avavanura na se.

91. Umuriro ururumba na wo, ushirirwe ahabona abarenze ku mabwirizwa y'Imana Allah, bakanahakana bivuye inyuma Intumwa zayo; وَبُرِّزَتِ ٱلْجَحِيمُ لِلْغَاوِينَ ﴿٩١﴾

92. Maze babwirwe n'agashinyaguro n'akantu bati: "Mbega ibigirwamana mwahora musenga mu gishingo c'Imana Allah, biri hehe ngo bibavugire kuri uno musi! وَقِيلَ لَهُمْ أَيْنَ مَا كُنتُمْ تَعْبُدُونَ ﴿٩٢﴾

93. Mbega burya nya bigirwamana birashoboye kubatabara ngo bibakureko ibihano! Mbe hoho nya bigirwamana nyene biranashoboye kwikura mu bihano!". مِن دُونِ ٱللَّهِ هَلْ يَنصُرُونَكُمْ أَوْ يَنتَصِرُونَ ﴿٩٣﴾

94. Bazoheza rero begeranirizwe hamwe, maze batabwe mu muriro batanguje umutwe, bari mu migwimigwi. Nya bigirwamana hamwe n'abarenze ku mabwirizwa y'Imana Allah bakanahakana n'Intumwa zayo, bazotabwa muri nya muriro; فَكُبْكِبُواْ فِيهَا هُمْ وَٱلْغَاوُونَ ﴿٩٤﴾

95. Bari kumwe n'abababahubishije mu ngabo za shetani zabaryohereza gukora ibibi, nta n'umwe azocaruka. وَجُنُودُ إِبْلِيسَ أَجْمَعُونَ ﴿٩٥﴾

96. Bazohazana bari mu muriro ku makosa yabo; قَالُواْ وَهُمْ فِيهَا يَخْتَصِمُونَ ﴿٩٦﴾

97. Bavuga babwira abababahubushije bati: "Turarahiye kw'izina ry'Imana Allah! Ni ukuri, kw'isi twari mu buhuvyi bugaragara; تَٱللَّهِ إِن كُنَّا لَفِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٩٧﴾

98. Mu kubasenga tubanganisha n'Imana Rurema w'ibiremwa vyose, Ikwiye gusengwa ari Imwe Rudende; إِذْ نُسَوِّيكُم بِرَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٩٨﴾

99. Burya nta cadukwegeye akaga kikadushikana aha turi, kiretse abanyavyaha barenga ku mabwirizwa y'Imana Allah baduhubishije, tukabumvira; وَمَآ أَضَلَّنَآ إِلَّا ٱلْمُجْرِمُونَ ﴿٩٩﴾

100. Ubwo none ga yemwe! Nta n'umwe yonadusabira akadukura muri ibi bihano turimwo! فَمَا لَنَا مِن شَٰفِعِينَ ﴿١٠٠﴾

101. Nta n'umugenzi nkoramutima yotwumvira n'ikigongwe! وَلَا صَدِيقٍ حَمِيمٍ ﴿١٠١﴾

102. Ese twopfuma dusubizwa kandi kw'isi tugaheza tukaba abemeramana koko!". فَلَوْ أَنَّ لَنَا كَرَّةً فَنَكُونَ مِنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٠٢﴾

103. Mu vy'ukuri mu nkuru ya Ibrahimu, ni ukuri harimwo inkebuzo ku wumva akikebuka. Hamwe n'ivyo rero, abenshi mu bashikiriwe n'iyo nkuru ntibahavuye bemera. إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَةً ۖ وَمَا كَانَ أَكْثَرُهُم مُّؤْمِنِينَ ﴿١٠٣﴾

104. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. وَإِنَّ رَبَّكَ لَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ﴿١٠٤﴾

105. Abantu barungikiwe Intumwa Nuhu barahakanye bivuye inyuma Intumwa yabo, baca bafatwa nk'aho bahakanye Intumwa zose[1]; كَذَّبَتْ قَوْمُ نُوحٍ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿١٠٥﴾

106. Igihe mwenewabo Nuhu yababwira ati: "Ubwo ntimwogamburukira Imana Allah mukubahiriza ibwirizwa ryo kuyisenga ari Imwe Rudende! إِذْ قَالَ لَهُمْ أَخُوهُمْ نُوحٌ أَلَا تَتَّقُونَ ﴿١٠٦﴾

[1] Kuko Intumwa iyo ari yo yose irungitswe, ibwiriza abo irungitsweko kwemera Intumwa zose.

107. Mu vy'ukuri, jewe kuri mwebwe ndi Intumwa, nkaba n'Umwizigirwa mu vyo ndabashikiriza;	إِنِّي لَكُمْ رَسُولٌ أَمِينٌ ﴿١٠٧﴾
108. Enda rero nyabuna nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kunyemera, muheze munyumvire mu gusenga Imana Imwe Rudende Allah;	فَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ﴿١٠٨﴾
109. Nta mpembo ndabasavye kw'ishikirizabutumwa ryanje, impembo yanje ndayiziga ku Mana Rurema Allah, Yo Mubungabunzi w'ibiremwa vyose;	وَمَآ أَسْـَٔلُكُمْ عَلَيْهِ مِنْ أَجْرٍ ۖ إِنْ أَجْرِيَ إِلَّا عَلَىٰ رَبِّ ٱلْعَـٰلَمِينَ ﴿١٠٩﴾
110. Kubera ivyo rero, nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kunyemera, muheze munyumvire mu gushira mu ngiro amabwirizwa yayo".	فَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ﴿١١٠﴾
111. Abantu ba Nuhu barinamuye bati: "Wewe ubona twokwemera gute ngo tugukurikire mu gihe wakurikiwe n'abantu ba nyarucari n'imbunuza!".	۞ قَالُوٓا۟ أَنُؤْمِنُ لَكَ وَٱتَّبَعَكَ ٱلْأَرْذَلُونَ ﴿١١١﴾
112. Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) araheza abishura ati: "Sinjejwe kumenya ubuzima babayemwo; ico njejwe, ni ukubararikira ukwemera, burya ubutore n'icubahiro c'umuntu, biva ku kwemera Imana Allah, ntibiva ku muryango canke ku co ari mu kibano;	قَالَ وَمَا عِلْمِى بِمَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١١٢﴾
113. Iharurirwa ryabo ku vyo bakoze, rijejwe Imana yanje Rurema Allah. Iyo muba muzi ko biri ukwo rero, ntimwari kunebagura abankurikiye;	إِنْ حِسَابُهُمْ إِلَّا عَلَىٰ رَبِّى ۖ لَوْ تَشْعُرُونَ ﴿١١٣﴾
114. Kandi nanje nyene sindota nirukana abemeramana bankurikiye uko bari kwose kugira ngo munyemere;	وَمَآ أَنَا۠ بِطَارِدِ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١١٤﴾
115. Jewe burya nta kindi njejwe, kiretse ko ndi Umugabisha atomoye ku bihano vy'Imana Allah".	إِنْ أَنَا۠ إِلَّا نَذِيرٌ مُّبِينٌ ﴿١١٥﴾
116. Abantu ba Nuhu bahavuye bamutera ubwoba bati: "Nuhu! Utaretse iryo rarikiramana ryawe, ni ukuri nta kibuza, tuzokwicisha amabuye!".	قَالُوا۟ لَئِن لَّمْ تَنتَهِ يَـٰنُوحُ لَتَكُونَنَّ مِنَ ٱلْمَرْجُومِينَ ﴿١١٦﴾
117. Nuhu amaze kwumva iterabwoba ryabo, yaratakambiye Imana Allah avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri abantu banje Wandungitseko, bangararije bimwe biboneka;	قَالَ رَبِّ إِنَّ قَوْمِى كَذَّبُونِ ﴿١١٧﴾
118. Ndagusavye rero ko Ufata ingingo idutandukanya mu guhonya abaguhakana bakagarariza Intumwa yawe, maze Undokore muri iryo honywa jewe hamwe n'abo turi kumwe mu bemeramana".	فَٱفْتَحْ بَيْنِى وَبَيْنَهُمْ فَتْحًا وَنَجِّنِى وَمَن مَّعِىَ مِنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١١٨﴾
119. Imana Allah Yarumviye Nuhu, maze Iramurokora muri nya honywa we hamwe n'abari kumwe na we mu bwato bwarimwo amoko yose y'ibiremwa.	فَأَنجَيْنَـٰهُ وَمَن مَّعَهُۥ فِى ٱلْفُلْكِ ٱلْمَشْحُونِ ﴿١١٩﴾
120. Mu nyuma rero, ni ho Twebwe Allah Twahonya abahakanye bakagarariza.	ثُمَّ أَغْرَقْنَا بَعْدُ ٱلْبَاقِينَ ﴿١٢٠﴾

إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَآيَةً ۖ وَمَا كَانَ أَكْثَرُهُم مُّؤْمِنِينَ ﴿١٢١﴾

121. Mu vy'ukuri, mu nkuru ya Nuhu n'ihonywa ry'abamugararije, ni ukuri harimwo inkebuzo ku bantu. Hamwe n'ivyo rero, abenshi mu bashikiriwe n'iyo nkuru, ntibahavuye bemera Imana Allah n'Intumwa zayo ngo bubahirize n'amabwirizwa yayo.

وَإِنَّ رَبَّكَ لَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ﴿١٢٢﴾

122. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

كَذَّبَتْ عَادٌ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿١٢٣﴾

123. Bene Aadi barahakanye bivuye inyuma Intumwa yabo Huudi, baca bafatwa nk'aho bahakanye Intumwa zose[1].

إِذْ قَالَ لَهُمْ أَخُوهُمْ هُودٌ أَلَا تَتَّقُونَ ﴿١٢٤﴾

124. Igihe mwenewabo Huudi yababwira ati: "Ubwo ntimwogamburukira Imana Allah mukubahiriza ibwirizwa ryo kuyisenga ari Imwe Rudende!;

إِنِّي لَكُمْ رَسُولٌ أَمِينٌ ﴿١٢٥﴾

125. Mu vy'ukuri, jewe kuri mwebwe ndi Intumwa, nkaba n'Umwizigirwa mu vyo ndabashikiriza;

فَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ﴿١٢٦﴾

126. Enda rero nyabuna nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kunyemera, muheze munyumvire mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah;

وَمَآ أَسْـَٔلُكُمْ عَلَيْهِ مِنْ أَجْرٍ ۖ إِنْ أَجْرِيَ إِلَّا عَلَىٰ رَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿١٢٧﴾

127. Nta mpembo ndabasavye kw'ishikirizabutumwa ryanje, impembo yanje ndayiziga ku Mana Rurema Allah, Yo Mubungabunzi w'ibiremwa vyose,

أَتَبْنُونَ بِكُلِّ رِيعٍ ءَايَةً تَعْبَثُونَ ﴿١٢٨﴾

128. Mbega mwubaka inyubakwa ndende aho hose hataramutse, mu ntumbero yo kwihambaza mukengera abarengana hepfo yanyu!

وَتَتَّخِذُونَ مَصَانِعَ لَعَلَّكُمْ تَخْلُدُونَ ﴿١٢٩﴾

129. Mukigirira n'amazu y'intamenwa y'amagorofa; nk'aho muzokwama kw'isi ibihe bidahera;

وَإِذَا بَطَشْتُم بَطَشْتُمْ جَبَّارِينَ ﴿١٣٠﴾

130. N'iyo hagize uwo mucakira mu bantu mukamukubita canke mukamwica, mubikora ku kagagazo n'akarenganyo;

فَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ﴿١٣١﴾

131. Kubera ivyo rero, nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kunyemera, muheze munyumvire mu gushira mu ngiro amabwirizwa yayo;

وَٱتَّقُوا۟ ٱلَّذِىٓ أَمَدَّكُم بِمَا تَعْلَمُونَ ﴿١٣٢﴾

132. Muheze mugamburukire Imana Allah Yabahaye inema muzi z'ubwoko bwose;

أَمَدَّكُم بِأَنْعَٰمٍ وَبَنِينَ ﴿١٣٣﴾

133. Yabahaye ibitungwa, Ibaha n'ibibondo;

وَجَنَّٰتٍ وَعُيُونٍ ﴿١٣٤﴾

134. Ibaha n'imirima itotahaye hamwe n'amazi y'amariba atemba".

إِنِّىٓ أَخَافُ عَلَيْكُمْ عَذَابَ يَوْمٍ عَظِيمٍ ﴿١٣٥﴾

135. Huudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yarihanije abantu yarungitsweko ati: "Mu vy'ukuri, jewe ndatinya ko mwoshikirwa n'ibihano vy'Imana Allah ku musi uhambaye, mu gihe mworendegera mu bugarariji, mwihakana n'inema zayo".

[1] Kuko Intumwa iyo ari yo yose irungitswe, ibwiriza abo irungitsweko kwemera Intumwa zose.

136. Abantu ba Huudi bamwamiriye kure bati: "Kuri twebwe rero, ukuduhanura kwawe n'ukutaduhanura, vyose ni co kimwe, ntiturota tukwemera namba!

قَالُواْ سَوَآءٌ عَلَيۡنَآ أَوَعَظۡتَ أَمۡ لَمۡ تَكُن مِّنَ ٱلۡوَٰعِظِينَ ١٣٦

137. Ivyo twemera si ikindi, kiretse ko ari imigenzo y'ab'aho hambere;

إِنۡ هَٰذَآ إِلَّا خُلُقُ ٱلۡأَوَّلِينَ ١٣٧

138. Kandi rero twebwe ntituzohanirwa gukora ivyo utubuza".

وَمَا نَحۡنُ بِمُعَذَّبِينَ ١٣٨

139. Bararendegeye rero mu guhakana bivuye inyuma, maze Twebwe Allah Duca Tubarungikira igihuhusi c'igikonyozi, Turabahonya. Mu vy'ukuri mw'ihonywa ryabo, ni ukuri harimwo inkebuzo ku bantu. Ntumwa y'Imana! Hamwe n'ivyo rero, abenshi mu bashikiriwe n'iyo nkuru ntibahavuye bakwemera.

فَكَذَّبُوهُ فَأَهۡلَكۡنَٰهُمۡۗ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗۖ وَمَا كَانَ أَكۡثَرُهُم مُّؤۡمِنِينَ ١٣٩

140. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِنَّ رَبَّكَ لَهُوَ ٱلۡعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ١٤٠

141. Bene Thamuudi barahakanye bivuye inyuma Intumwa yabo Swalehe, baca bafatwa nk'aho bahakanye Intumwa zose[1].

كَذَّبَتۡ ثَمُودُ ٱلۡمُرۡسَلِينَ ١٤١

142. Igihe mwenewabo Swalehe yababwira ati: "Ubwo ntimwogamburukira Imana Allah mukubahiriza ibwirizwa ryo kuyisenga ari Imwe Rudende!

إِذۡ قَالَ لَهُمۡ أَخُوهُمۡ صَٰلِحٌ أَلَا تَتَّقُونَ ١٤٢

143. Mu vy'ukuri, jewe kuri mwebwe ndi Intumwa, nkaba n'Umwizigirwa mu vyo ndabashikiriza;

إِنِّي لَكُمۡ رَسُولٌ أَمِينٞ ١٤٣

144. Enda rero nyabuna nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kunyemera, muheze munyumvire mu kwubahiriza amabwirizwa yayo;

فَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ١٤٤

145. Nta n'impembo ndabasavye kw'ishikirizabutumwa ryanje, impembo yanje ndayiziga ku Mana Rurema Allah, Yo Mubungabunzi w'ibiremwa vyose.

وَمَآ أَسۡـَٔلُكُمۡ عَلَيۡهِ مِنۡ أَجۡرٍۖ إِنۡ أَجۡرِيَ إِلَّا عَلَىٰ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٤٥

146. Mbega none, Imana yanyu Rurema Allah Ikwiye kubareka mukishira mukizana mu nema Yabahaye kw'isi mutekaniwe!

أَتُتۡرَكُونَ فِي مَا هَٰهُنَآ ءَامِنِينَ ١٤٦

147. Mu mirima itotahaye hamwe n'amazi y'amariba atemba!

فِي جَنَّٰتٖ وَعُيُونٖ ١٤٧

148. N'ibitara vy'ivyamwa n'ibiterwa hamwe n'itende zoroshe z'akanovera!

وَزُرُوعٖ وَنَخۡلٖ طَلۡعُهَا هَضِيمٞ ١٤٨

149. Mukanabaza mu misozi inzu mu buhinga butuma mwiyemera bidasanzwe!

وَتَنۡحِتُونَ مِنَ ٱلۡجِبَالِ بُيُوتٗا فَٰرِهِينَ ١٤٩

150. Kubera ivyo rero, nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kunyemera, muheze munyumvire mu kwubahiriza amabwirizwa yayo;

فَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ١٥٠

151. Ntimugakurikire namba ivyo mubwirwa n'abimonogoje mu bugarariji;

وَلَا تُطِيعُوٓاْ أَمۡرَ ٱلۡمُسۡرِفِينَ ١٥١

[1] Kuko Intumwa iyo ari yo yose irungitswe, ibwiriza abo irungitsweko kwemera Intumwa zose.

152. Bagenzwa n'ubwononyi kw'isi, batigera bitwararika gukora ibitunganye".

ٱلَّذِينَ يُفۡسِدُونَ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَلَا يُصۡلِحُونَ ١٥٢

153. Bene Thamuudi barinamuye babwira Swalehe bati: "Ni ukuri wewe, uri mu barozwe koko gushika n'aho utakigira n'ubwo kurahura!

قَالُوٓاْ إِنَّمَآ أَنتَ مِنَ ٱلۡمُسَحَّرِينَ ١٥٣

154. Wewe nta co uri, kiretse ko uri umuntu nkatwe, udusumbije igiki cotuma uba Intumwa! Enda rero nyabuna zana icemezo cerekana ko uri Intumwa, niwaba koko uri mu mvugakuri ko Imana Allah Yakuturungitseko!".

مَآ أَنتَ إِلَّا بَشَرٞ مِّثۡلُنَا فَأۡتِ بِـَٔايَةٍ إِن كُنتَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ١٥٤

155. Swalehe yababwiye ati: "Ng'iyo ingamiya mwarungikiwe n'Imana Allah, kugira ibabere icemezo cerekana ko ndi mu kuri, yagenewe gushoka ku musi wayo na mwe mukaba murekuriwe kuvoma ku musi uzwi ukurikira;

قَالَ هَٰذِهِۦ نَاقَةٞ لَّهَا شِرۡبٞ وَلَكُمۡ شِرۡبُ يَوۡمٖ مَّعۡلُومٖ ١٥٥

156. Ntimunayikomakome ku nabi ngo muyice imitsi. Nimwahirahira rero mukayikomakoma ku nabi, nta kizobuza ko mushikirwa n'ibihano vy'Imana Allah ku musi uhambaye".

وَلَا تَمَسُّوهَا بِسُوٓءٖ فَيَأۡخُذَكُمۡ عَذَابُ يَوۡمٍ عَظِيمٖ ١٥٦

157. Ni ho rero bahakana, basimbira kuri nya ngamiya barayica imitsi, barayibaga, maze bazinduka bicuza ku vyo bakoze, bamaze kumenya neza ko bategerezwa guhanwa;

فَعَقَرُوهَا فَأَصۡبَحُواْ نَٰدِمِينَ ١٥٧

158. Baca bashikirwa rero n'ibihano vy'Imana Allah basezeraniwe na Swalehe (nyakugira amahoro y'Imana Allah), birabahonya. Mu vy'ukuri mw'ihonywa rya Bene Thamuudi, ni ukuri harimwo inkebuzo ku wushaka kwikebuka mu bantu. Hamwe n'ivyo rero, abenshi mu bashikiriwe n'iyo nkuru, ntibahavuye bemera Imana Allah.

فَأَخَذَهُمُ ٱلۡعَذَابُۗ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗۖ وَمَا كَانَ أَكۡثَرُهُم مُّؤۡمِنِينَ ١٥٨

159. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِنَّ رَبَّكَ لَهُوَ ٱلۡعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ١٥٩

160. Abantu ba Luutwi barahakanye bivuye inyuma Intumwa yabo Luutwi, baca bafatwa nk'aho bahakanye Intumwa zose[1].

كَذَّبَتۡ قَوۡمُ لُوطٍ ٱلۡمُرۡسَلِينَ ١٦٠

161. Igihe mwenewabo Luutwi yababwira ati: "Ubwo ntimwogamburukira Imana Allah mukubahiriza amabwirizwa yayo!

إِذۡ قَالَ لَهُمۡ أَخُوهُمۡ لُوطٌ أَلَا تَتَّقُونَ ١٦١

162. Mu vy'ukuri, jewe kuri mwebwe ndi Intumwa, nkaba n'Umwizigirwa mu vyo ndabashikiriza;

إِنِّي لَكُمۡ رَسُولٌ أَمِينٞ ١٦٢

163. Enda rero nyabuna nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kunyemera, muheze munyumvire mu kwubahiriza amabwirizwa yayo;

فَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ١٦٣

[1] Kuko Intumwa iyo ari yo yose irungitswe, ibwiriza abo irungitsweko kwemera Intumwa zose.

164. Nta n'impembo ndabasavye kw'ishikirizabutumwa ryanje, impembo yanje ndayiziga ku Mana Rurema Allah, Yo Mubungabunzi w'ibiremwa vyose.

وَمَآ أَسۡـَٔلُكُمۡ عَلَيۡهِ مِنۡ أَجۡرٍۖ إِنۡ أَجۡرِيَ إِلَّا عَلَىٰ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٦٤

165. Mbega none, karashize ingani mwabirane abagabo ku bagabo muri Bene Adamu!

أَتَأۡتُونَ ٱلذُّكۡرَانَ مِنَ ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٦٥

166. Muheze mwirengagize kwabira abo mwaremewe n'Imana yanyu Rurema Allah mu bagore, ari na bo mwagenewe kugira muryoherwe muheze murondoke! Ahubwo rero, mwebwe muri abantu bimonogoje mu kuvogera imbibe z'ibibujijwe n'Imana Allah".

وَتَذَرُونَ مَا خَلَقَ لَكُمۡ رَبُّكُم مِّنۡ أَزۡوَٰجِكُمۚ بَلۡ أَنتُمۡ قَوۡمٌ عَادُونَ ١٦٦

167. Abantu Luutwi yarungitsweko bahavuye bamutera ubwoba bati: "Luutwi! Utaretse kutubuza kwabirana abagabo ku bandi, ni ukuri nta kibuza, tuzokwomora utuvire mu gihugu!".

قَالُواْ لَئِن لَّمۡ تَنتَهِ يَٰلُوطُ لَتَكُونَنَّ مِنَ ٱلۡمُخۡرَجِينَ ١٦٧

168. Luutwi asubizayo ati: "Mu vy'ukuri, jewe ndi mu biyamiriza bivuye inyuma bakanashavuzwa cane n'ivyo mukora".

قَالَ إِنِّي لِعَمَلِكُم مِّنَ ٱلۡقَالِينَ ١٦٨

169. Luutwi amaze kwihebura ko batarota bamwumvira, yasavye Imana Allah avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Nkingira jewe hamwe n'umuryango wanje inkurikizi z'ivyaha vy'agahomerabunwa bakora".

رَبِّ نَجِّنِي وَأَهۡلِي مِمَّا يَعۡمَلُونَ ١٦٩

170. Ni ho rero Twebwe Allah, Twarokora Luutwi hamwe n'umuryango wiwe n'abitabiriye irarikiramana ryiwe;

فَنَجَّيۡنَٰهُ وَأَهۡلَهُۥٓ أَجۡمَعِينَ ١٧٠

171. Kiretse umukecuru umwe muri bo atemeye, ari na we yari umugore wiwe, yari mu bategerezwa guhanwa;

إِلَّا عَجُوزٗا فِي ٱلۡغَٰبِرِينَ ١٧١

172. Mu nyuma rero, ni ho Twebwe Allah Twarandurana n'imizi abahakanye bakagarariza;

ثُمَّ دَمَّرۡنَا ٱلۡأٓخَرِينَ ١٧٢

173. Maze Tubakurikiza n'icucagirwa ry'amabuye amanuka avuye mu kirere nk'imvura y'urutavanako; ryari icucagirwa ry'amabuye ribi cane ku bihanijwe n'Intumwa bakanka kuzumvira!

وَأَمۡطَرۡنَا عَلَيۡهِم مَّطَرٗاۖ فَسَآءَ مَطَرُ ٱلۡمُنذَرِينَ ١٧٣

174. Mu vy'ukuri mw'ihonywa ry'abantu ba Luutwi, ni ukuri harimwo inkebuzo ku bahakanyi bagarariza amabwirizwa y'Imana Allah. Hamwe n'ivyo rero, abenshi muri bo ntibahavuye bemera.

إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗۖ وَمَا كَانَ أَكۡثَرُهُم مُّؤۡمِنِينَ ١٧٤

175. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِنَّ رَبَّكَ لَهُوَ ٱلۡعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ١٧٥

176. Abantu bo mu gisagara c'ibiti bitotahaye barahakanye bivuye inyuma Intumwa yabo Shu'ayibu, baca bafatwa nk'aho bahakanye Intumwa zose[1].

كَذَّبَ أَصۡحَٰبُ لۡـَٔيۡكَةِ ٱلۡمُرۡسَلِينَ ١٧٦

177. Igihe Shu'ayibu yababwira ati: "Ubwo ntimwogamburukira Imana Allah mukubahiriza amabwirizwa yayo!

إِذۡ قَالَ لَهُمۡ شُعَيۡبٌ أَلَا تَتَّقُونَ ١٧٧

[1] Kuko Intumwa iyo ari yo yose irungitswe ibwiriza abo irungitsweko kwemera Intumwa zose.

178. Mu vy'ukuri, jewe kuri mwebwe ndi Intumwa, nkaba n'Umwizigirwa mu vyo ndabashikiriza; إِنِّى لَكُمْ رَسُولٌ أَمِينٌ ﴿١٧٨﴾

179. Enda rero nyabuna nimwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kunyemera, muheze munyumvire mu kwubahiriza amabwirizwa yayo; فَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ﴿١٧٩﴾

180. Nta n'impembo ndabasavye kw'ishikirizabutumwa ryanje, impembo yanje ndayiziga ku Mana Rurema Allah, Yo Mubungabunzi w'ibiremwa vyose. وَمَآ أَسْـَٔلُكُمْ عَلَيْهِ مِنْ أَجْرٍ ۖ إِنْ أَجْرِىَ إِلَّا عَلَىٰ رَبِّ ٱلْعَـٰلَمِينَ ﴿١٨٠﴾

181. Shu'ayibu yabwiye abo yarungitsweko ati: "Enda nimukwize ingero mu gihe mugereye abandi, kandi ntimukagabanye ku ngero mugeresha; ۞أَوْفُواْ ٱلْكَيْلَ وَلَا تَكُونُواْ مِنَ ٱلْمُخْسِرِينَ ﴿١٨١﴾

182. Mwongere mupimire abantu ku munzani utunganye, ukwiza ibiro; وَزِنُواْ بِٱلْقِسْطَاسِ ٱلْمُسْتَقِيمِ ﴿١٨٢﴾

183. Ntimukambure abantu ivyabo ku ngero, ku munzani, n'ibindi; eka ntimukagenzwe n'ubwononyi ubwo ari bwo bwose[1] kw'isi; وَلَا تَبْخَسُواْ ٱلنَّاسَ أَشْيَآءَهُمْ وَلَا تَعْثَوْاْ فِى ٱلْأَرْضِ مُفْسِدِينَ ﴿١٨٣﴾

184. Muheze kandi mwikingire ko mwoshikirwa n'ibihano vy'Iyabaremye mwebwe hamwe n'abakurambere banyu". وَٱتَّقُواْ ٱلَّذِى خَلَقَكُمْ وَٱلْجِبِلَّةَ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿١٨٤﴾

185. Abantu ba Shu'ayibu bamwishuye bati: "Ni ukuri wewe, uri mu barozwe koko gushika n'aho utakigira n'ubwo kurahura! قَالُوٓاْ إِنَّمَآ أَنتَ مِنَ ٱلْمُسَحَّرِينَ ﴿١٨٥﴾

186. Wewe nta n'ico uri, kiretse ko uri umuntu nkatwe, udusumbije igiki cotuma uba Intumwa! Mbere twibwira ko wewe ata nkeka uri mu babesha ko warungitswe kuba Intumwa; وَمَآ أَنتَ إِلَّا بَشَرٌ مِّثْلُنَا وَإِن نَّظُنُّكَ لَمِنَ ٱلْكَـٰذِبِينَ ﴿١٨٦﴾

187. Saba rero Imana yawe Allah Itumanurireko ibihano bivuye mw'ijuru biduhonye, niwaba koko uri mu mvugakuri ko ari Yo Yakuturungitseko!". فَأَسْقِطْ عَلَيْنَا كِسَفًا مِّنَ ٱلسَّمَآءِ إِن كُنتَ مِنَ ٱلصَّـٰدِقِينَ ﴿١٨٧﴾

188. Shu'ayibu araheza abishura avuga ati: "Imana yanje Rurema Allah, ni Yo Izi neza ivyo mukora vyotuma Ibahana". قَالَ رَبِّىٓ أَعْلَمُ بِمَا تَعْمَلُونَ ﴿١٨٨﴾

189. Bahavuye rero barendegera mu guhakana bivuye inyuma Shu'ayibu, maze Imana Allah Ibahanisha ubushuhe bumena imbwa agahanga, baraheza bahungira nya bushuhe musi y'igicu kibaha agatutu n'akayaga. Bamaze kwiyegeraniriza hamwe bose musi ya nya gicu, ni ho Imana Allah Yaca Irungika umuriro ubaturira bose, mu vy'ukuri cari igihano c'ihonywa ku musi uhambaye. فَكَذَّبُوهُ فَأَخَذَهُمْ عَذَابُ يَوْمِ ٱلظُّلَّةِ ۚ إِنَّهُۥ كَانَ عَذَابَ يَوْمٍ عَظِيمٍ ﴿١٨٩﴾

190. Mu vy'ukuri, mw'ihonywa ry'abantu bo mu gisagara c'ibiti bitotahaye, ni ukuri harimwo inkebuzo ku bahakanyi إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَةً ۖ وَمَا كَانَ أَكْثَرُهُم مُّؤْمِنِينَ ﴿١٩٠﴾

[1] Ni ubwononyi bushingiye ku gukwiragiza ibangikanyamana, ukwica no kwicisha umuntu hamwe no kumugirako iterabwoba canke kumwambura utwiwe.

bagarariza amabwirizwa y'Imana Allah. Hamwe n'ivyo rero, abenshi muri bo ntibahavuye bikebuka ngo bemere.

191. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَإِنَّ رَبَّكَ لَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ﴿١٩١﴾

192. Mu vy'ukuri, iyi Qor'ani icira abantu ku mayange kahise k'ivyashikiye Intumwa n'abo zarungitsweko, Yamanuwe ivuye ku Mana Rurema Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;

وَإِنَّهُۥ لَتَنزِيلُ رَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿١٩٢﴾

193. Ntumwa y'Imana! Iyo Qor'ani yamanukanwe na Mutimamweranda akaba n'umwizigirwa Jibrili;

نَزَلَ بِهِ ٱلرُّوحُ ٱلْأَمِينُ ﴿١٩٣﴾

194. Araheza arayigusomera urayizigama mu mutima, uranatahura n'ingingo zirimwo, kugira ube Intumwa mu zindi Ntumwa zigabisha abo zarungitsweko ku bihano vy'Imana Allah, uheze ugabishe rero abantu bose co kimwe n'amajini.

عَلَىٰ قَلْبِكَ لِتَكُونَ مِنَ ٱلْمُنذِرِينَ ﴿١٩٤﴾

195. Akaba yayimanukanye iri mu rurimi rw'icarabu rutomoye, harimwo ingingo zose nkenerwa mu gutunganya ivy'ubuzima bwo kw'isi n'ivy'ubw'inyuma yo gupfa.

بِلِسَانٍ عَرَبِيٍّ مُّبِينٍ ﴿١٩٥﴾

196. Mu vy'ukuri ivugwa ry'iyi Qor'ani, ni ukuri riri mu Bitabu vy'Intumwa zo hambere yawe.

وَإِنَّهُۥ لَفِى زُبُرِ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿١٩٦﴾

197. Ntumwa y'Imana! Mbega abaguhakana, ntivyari bikwiye kubabera icemezo cotuma bemera ko uri Intumwa, kuba abamenyi muri Bene Israyeli bazi neza na neza ko uri Intumwa vy'ukuri, n'uko Qor'ani ari ukuri kudahinyuzwa![1].

أَوَلَمْ يَكُن لَّهُمْ ءَايَةً أَن يَعْلَمَهُۥ عُلَمَٰٓؤُا۟ بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ﴿١٩٧﴾

198. N'iyo Twebwe Allah Tumanurira Qor'ani bamwe mu batavuga ururimi rw'icarabu;

وَلَوْ نَزَّلْنَٰهُ عَلَىٰ بَعْضِ ٱلْأَعْجَمِينَ ﴿١٩٨﴾

199. Maze bakayisomera abagarariji mu Bakorayishi mu carabu gitomoye, ntibari kuyemera namba, bari no kurondera icitwazo c'ukwo kutemera.

فَقَرَأَهُۥ عَلَيْهِم مَّا كَانُوا۟ بِهِۦ مُؤْمِنِينَ ﴿١٩٩﴾

200. Ni nk'ukwo nyene rero Twebwe Allah, Twateye amakenga yo kutemera Qor'ani mu mitima y'abanyavyaha barenga ku mabwirizwa yacu;

كَذَٰلِكَ سَلَكْنَٰهُ فِى قُلُوبِ ٱلْمُجْرِمِينَ ﴿٢٠٠﴾

201. Ntibarota bemera rero, gushika biboneyeko ibihano bibabaza basezeraniwe;

لَا يُؤْمِنُونَ بِهِۦ حَتَّىٰ يَرَوُا۟ ٱلْعَذَابَ ٱلْأَلِيمَ ﴿٢٠١﴾

202. Maze nya bihano bibashikire giturumbuka ata vyo bari biteze;

فَيَأْتِيَهُم بَغْتَةً وَهُمْ لَا يَشْعُرُونَ ﴿٢٠٢﴾

203. Baheze bicuze bavuga bati: "Ubwo ntitworindirizwa na gato kugira twigaye ku Mana Allah, duheze tuyemere!";

فَيَقُولُوا۟ هَلْ نَحْنُ مُنظَرُونَ ﴿٢٠٣﴾

[1] Mu bamenyi bo muri Bene Israyeli, ni uwitwa Abdu llaahi mwene Salaam, yahavuye yemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

204. Bahenzwe n'uko Twebwe Allah Dutenyenya kubahana, baraheza bihutira gusaba ko Twobahana! أَفَبِعَذَابِنَا يَسْتَعْجِلُونَ ﴿٢٠٤﴾

205. Ntumwa y'Imana! Mbega wari uzi ko n'aho abagarariji Twobaha kuryoherwa mu buzima bwo kw'isi imyaka n'iyindi; أَفَرَءَيْتَ إِن مَّتَّعْنَٰهُمْ سِنِينَ ﴿٢٠٥﴾

206. Hanyuma bagashikirwa n'ibihano basezeraniwe; ثُمَّ جَآءَهُم مَّا كَانُوا۟ يُوعَدُونَ ﴿٢٠٦﴾

207. Ukuryoherwa muri nya buzima imyaka n'iyindi, ata co kwobamarira mu gihe batarigaya ku Mana Allah icaha c'ibangikanyamana! مَآ أَغْنَىٰ عَنْهُم مَّا كَانُوا۟ يُمَتَّعُونَ ﴿٢٠٧﴾

208. Nta ho vyakabaye rero ko Twebwe Allah, Duhana Tugahonya agacimbiri na kamwe k'abantu b'aho hambere, kiretse ko Twabanza kukarungikira Intumwa zikagabisha ku bihano vyacu; وَمَآ أَهْلَكْنَا مِن قَرْيَةٍ إِلَّا لَهَا مُنذِرُونَ ﴿٢٠٨﴾

209. Nya Ntumwa rero zigaheza zikibutsa nya gacimbiri kwubahiriza amabwirizwa yacu. Ntitwari kurenganya rero umugwi uwo ari wo wose w'abantu ngo Tuwuhane imbere yuko Tuwurungikira Intumwa. ذِكْرَىٰ وَمَا كُنَّا ظَٰلِمِينَ ﴿٢٠٩﴾

210. Nta mashetani yigeze amanurira Qor'ani Intumwa Muhamadi nk'uko abagarariji bibwira; وَمَا تَنَزَّلَتْ بِهِ ٱلشَّيَٰطِينُ ﴿٢١٠﴾

211. Ico kizire rero ku mashetani, eka nta n'ico yoshobora; وَمَا يَنۢبَغِى لَهُمْ وَمَا يَسْتَطِيعُونَ ﴿٢١١﴾

212. Mu vy'ukuri, ayo mashetani ntashoboye no gusuma urusaku kw'ihishurirwa rya Qor'ani mu gihe imanuwe. إِنَّهُمْ عَنِ ٱلسَّمْعِ لَمَعْزُولُونَ ﴿٢١٢﴾

213. Ntukabangikanye rero Imana Allah mu kuyisenga hamwe n'iyindi mana, wohava uba mu bahanirwa ibangikanyamana. فَلَا تَدْعُ مَعَ ٱللَّهِ إِلَٰهًا ءَاخَرَ فَتَكُونَ مِنَ ٱلْمُعَذَّبِينَ ﴿٢١٣﴾

214. Ntumwa y'Imana! Gabisha rero ku bihano vy'Imana Allah abari hafi yawe, na canecane mu muryango wawe; وَأَنذِرْ عَشِيرَتَكَ ٱلْأَقْرَبِينَ ﴿٢١٤﴾

215. Uheze worohere mu mvugo n'ingiro abemeramana bagukurikiye, mu kwicisha bugufi no kubumvira impuhwe. وَٱخْفِضْ جَنَاحَكَ لِمَنِ ٱتَّبَعَكَ مِنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٢١٥﴾

216. Nibaca kubiri n'ingingo yawe, uraheza ubabwire uti: "Mu vy'ukuri jewe, nditandukanije n'ivyo mukora mw'ibangikanyamana". فَإِنْ عَصَوْكَ فَقُلْ إِنِّى بَرِىٓءٌ مِّمَّا تَعْمَلُونَ ﴿٢١٦﴾

217. Maze wishimikize unizere Imana Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. وَتَوَكَّلْ عَلَى ٱلْعَزِيزِ ٱلرَّحِيمِ ﴿٢١٧﴾

218. Ni Yo Ikubona mu gihe ugira usenge wenyene mu gicugu; ٱلَّذِى يَرَىٰكَ حِينَ تَقُومُ ﴿٢١٨﴾

219. Ikabona n'ukungene ugira uri kumwe n'abayubamira mw'isengesho, haba mu gihe uhagaze, wunamye, wubamye canke wicaye; وَتَقَلُّبَكَ فِى ٱلسَّٰجِدِينَ ﴿٢١٩﴾

220. Mu vy'ukuri Iyo Mana Allah, ni Yo Nyenukwumva, Irumva igisomwa, ininahaza n'itaziramana vyawe; إِنَّهُۥ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْعَلِيمُ ﴿٢٢٠﴾

Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo ukora n'ivyo uzirikana.

هَلۡ أُنَبِّئُكُمۡ عَلَىٰ مَن تَنَزَّلُ ٱلشَّيَٰطِينُ ﴿٢٢١﴾

221. Bantu! Mbega ndababwire uwururukirwa na shetani uwo ari we?

تَنَزَّلُ عَلَىٰ كُلِّ أَفَّاكٍ أَثِيمٍ ﴿٢٢٢﴾

222. Burya shetani, yururukira uwo wese yimonogoza mu kubesha, yuzuye ivyaha muri ba senyagara n'abapfumu;

يُلۡقُونَ ٱلسَّمۡعَ وَأَكۡثَرُهُمۡ كَٰذِبُونَ ﴿٢٢٣﴾

223. Amashetani araheza agasuma urusaku mu kwumviriza inkuru y'ibivugwa mu biremwa vyo mw'ijuru; maze agahereza nya nkuru ba senyagara n'abapfumu, kandi abenshi muri bo barabesha.

وَٱلشُّعَرَآءُ يَتَّبِعُهُمُ ٱلۡغَاوُۥنَ ﴿٢٢٤﴾

224. Burya n'abivuzi b'amazina bashingira ku kinyoma n'ububeshi, maze abahuvye inzira na bo bakabakurikira;

أَلَمۡ تَرَ أَنَّهُمۡ فِي كُلِّ وَادٖ يَهِيمُونَ ﴿٢٢٥﴾

225. Ntumwa y'Imana! Ntiwabonye ko abivuzi b'amazina, bapfa ivyo bavuze batagira intumbero[1]; nk'intungwa yaciye ikiziriko itagira iyo iva n'iyo ija;

وَأَنَّهُمۡ يَقُولُونَ مَا لَا يَفۡعَلُونَ ﴿٢٢٦﴾

226. N'uko bavuga ivyo batigera bakora, bakivuga abanyabinyoma, bagatyoza imvugakuri!

إِلَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَذَكَرُواْ ٱللَّهَ كَثِيرٗا وَٱنتَصَرُواْ مِنۢ بَعۡدِ مَا ظُلِمُواْۚ وَسَيَعۡلَمُ ٱلَّذِينَ ظَلَمُوٓاْ أَيَّ مُنقَلَبٖ يَنقَلِبُونَ ﴿٢٢٧﴾

227. Havuyemwo gusa abivuzi b'amazina bemeye bakanakora n'ivyiza bitegetswe, bakananinahaza batazira cane Imana Allah, bagaheza rero bakivuga amazina mu guharanira ubwislamu[2] no kurwanira Intumwa y'Imana mu kwishura abivuzi b'amazina b'abagarariji. Abirenganije rero mw'ibangikanyamana[3], bazoteba bamenye ingaruka mbi cane zibarindiriye.

27. An-Naml (Ubunyegeri)
Aayah 93, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

طسٓۚ تِلۡكَ ءَايَٰتُ ٱلۡقُرۡءَانِ وَكِتَابٖ مُّبِينٖ ﴿١﴾

1. Twaa Siin[4]. Izi, ni Aayah za Qor'ani, Aayah z'Igitabu gitomoye neza, mu nsiguro, mu ngingo z'ibirekuwe n'ibizira;

هُدٗى وَبُشۡرَىٰ لِلۡمُؤۡمِنِينَ ﴿٢﴾

2. Izo Aayah z'Igitabu Qor'ani, ni uburongozi bushikana ku ntsinzi mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, zikanaba n'inkuru nziza iremesha ko Ubwami bw'ijuru bwagenewe abemeramana;

ٱلَّذِينَ يُقِيمُونَ ٱلصَّلَوٰةَ وَيُؤۡتُونَ ٱلزَّكَوٰةَ وَهُم بِٱلۡأٓخِرَةِ هُمۡ يُوقِنُونَ ﴿٣﴾

3. Abatsimbataza amasengesho atanu ku musi akwije ibisabwa; bagatanga n'ishikanwa-bwirizwa ku

[1] Mu guhonyanga agateka k'imiryango.
[2] Nko kwigisha ko hakwiye gusengwa Imana Imwe Rudende, gutsimbataza urupfasoni n'imigenzo myiza, n'izindi nyigisho ngirakamaro.
[3] Hamwe no mu gutyoza agateka n'icubahiro c'abantu no kubakorera inteba ishushe.
[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

bayigenewe; bakemera ata guhigimanga ko hariho ubuzima bw'inyuma yo gupfa.

إِنَّ ٱلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ بِٱلْءَاخِرَةِ زَيَّنَّا لَهُمْ أَعْمَٰلَهُمْ فَهُمْ يَعْمَهُونَ ﴿٤﴾

4. Mu vy'ukuri, abatemera ko hariho ubuzima bw'inyuma yo gupfa ngo baheze babwitegurire, Twabaryohereje ibikorwa vyabo bibi babibona ko ari vyiza, baranajuragirika mu kubura ico bafata n'ico bareka mu vyo bakora;

أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ لَهُمْ سُوٓءُ ٱلْعَذَابِ وَهُمْ فِى ٱلْءَاخِرَةِ هُمُ ٱلْأَخْسَرُونَ ﴿٥﴾

5. Abo, ni bo rero bategekanirijwe ibihano bibi bisuzuguza mu buzima bwo kw'isi, bakazoba no mu bahomvye cane mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَإِنَّكَ لَتُلَقَّى ٱلْقُرْءَانَ مِن لَّدُنْ حَكِيمٍ عَلِيمٍ ﴿٦﴾

6. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, wewe wakira Qor'ani ivuye ku Mana Allah, Intungane mu vyo Ikora, Nyenubumenyikurivyose.

إِذْ قَالَ مُوسَىٰ لِأَهْلِهِۦٓ إِنِّىٓ ءَانَسْتُ نَارًا سَـَٔاتِيكُم مِّنْهَا بِخَبَرٍ أَوْ ءَاتِيكُم بِشِهَابٍ قَبَسٍ لَّعَلَّكُمْ تَصْطَلُونَ ﴿٧﴾

7. Ntumwa y'Imana! Ibuka inkuru ya Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), igihe yari avuye muri Madiyana agarutse muri Misiri, igihe abwira umuryango wiwe ati: "Mu vy'ukuri, jewe ndabonye umucanwa waka, reka ndabe ko nohasanga inkuru y'umuntu yotuzimurura akatwereka inzira, canke ko nobazanira igishirira kugira mwote".

فَلَمَّا جَآءَهَا نُودِىَ أَنۢ بُورِكَ مَن فِى ٱلنَّارِ وَمَنْ حَوْلَهَا وَسُبْحَٰنَ ٱللَّهِ رَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٨﴾

8. Musa amaze gushika aho yabonye nya muriro, yarahamagawe n'Imana Allah Iti: "Harahezagiwe abamalayika bari muri nya muriro n'abawukikuje, nihaninahazwe rero Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;

يَٰمُوسَىٰٓ إِنَّهُۥٓ أَنَا ٱللَّهُ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٩﴾

9. Ewe Musa! Mu vy'ukuri ni Jewe Imana Imwe Rudende Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Nkora;

وَأَلْقِ عَصَاكَ ۚ فَلَمَّا رَءَاهَا تَهْتَزُّ كَأَنَّهَا جَآنٌّ وَلَّىٰ مُدْبِرًا وَلَمْ يُعَقِّبْ ۚ يَٰمُوسَىٰ لَا تَخَفْ إِنِّى لَا يَخَافُ لَدَىَّ ٱلْمُرْسَلُونَ ﴿١٠﴾

10. Enda nyabuna rero, terera iyo nkoni yawe hasi". Musa amaze kuyiterera hasi, yaciye ihinduka inzoka yigendera. Musa amaze kubona ya nkoni igenda inyiganyiga nk'inzoka, yatunzwe n'ayo yameze, asubira inyuma ubudakebuka. Maze Imana Allah Ica Iramutururuza Iti: "Ewe Musa! Ntutinye na gato, tekana! Mu vy'ukuri, Jewe nta Ntumwa itinya iri imbere yanje;

إِلَّا مَن ظَلَمَ ثُمَّ بَدَّلَ حُسْنًۢا بَعْدَ سُوٓءٍ فَإِنِّى غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿١١﴾

11. Ariko uwirenganije agakora icaha, hanyuma akigaya maze agasubiriza nya caha iciza co kwigaya, ni ukuri Jewe Ndi Nyenikigongwe-ntangere, Nyenimbabazi kuri we;

وَأَدْخِلْ يَدَكَ فِى جَيْبِكَ تَخْرُجْ بَيْضَآءَ مِنْ غَيْرِ سُوٓءٍ ۖ فِى تِسْعِ ءَايَٰتٍ إِلَىٰ فِرْعَوْنَ وَقَوْمِهِۦٓ ۚ إِنَّهُمْ كَانُوا۟ قَوْمًا فَٰسِقِينَ ﴿١٢﴾

12. Shira ikiganza cawe rero mu kwaha kwawe, kivayo cererana gisayangana bidaturutse ku ndwara y'ubukarabe; ico, ni kimwe mu bitangaro icenda[1] vyerekana ko uri Intumwa vy'ukuri Ndungitse kwa Firawuni

[1] Ivyo bitangaro bikaba vyari ibi bikurikira: ihinduka ry'inkoni ikaba inzoka amahanga, gusayangana kw'ikiganza mu gihe agikuye mu kwaha, itera ry'amapfa, ikeha ry'umwimbu w'ivyamwa, itera ry'imyuzurire y'amazi, itera ry'inzige, itera ry'udukoko turya ico ari co cose duhuye na co, itera ry'ibikere bikwiragiye hose n'ihinduka ry'ibinyobwa bigacika amaraso.

n’abantu biwe; mu vy’ukuri, bari mu bantu b’ibigaba birenga ku mabwirizwa y’Imana Allah”.

13. Nya bitangaro vyacu Twebwe Allah vyerekana ukuri ku wubibonye, bimaze gushikira Firawuni n’abantu biwe, bavuze bati: “Ubu, ni ubukonikoni bweruye!”.

فَلَمَّا جَآءَتْهُمْ ءَايَٰتُنَا مُبْصِرَةً قَالُواْ هَٰذَا سِحْرٌ مُّبِينٌ ﴿١٣﴾

14. Firawuni n’abantu biwe rero, barahakanye ku manyama, ko nya bitangaro icenda bivuye koko ku Mana Allah, kandi ku mutima baremera ko ari ivy’ukuri, maze Imana Allah Ibahanisha gusoma nturi. Ntumwa y’Imana! Raba rero uko iherezo ry’abagenzwa n’ubwononyi kw’isi, ryagenze.

وَجَحَدُواْ بِهَا وَٱسْتَيْقَنَتْهَآ أَنفُسُهُمْ ظُلْمًا وَعُلُوًّا ۚ فَٱنظُرْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلْمُفْسِدِينَ ﴿١٤﴾

15. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarahaye Dawudi n’umuhungu wiwe Sulayimani ubumenyi, baraheza barabugendera koko, baca baravuga bompi bashima bati: “Ishimagizwa, ni iry’Imana Allah Yaduteye iteka, Ikaduhesha n’icubahiro gisumba ica benshi mu baja bayo b’abemeramana”.

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَا دَاوُۥدَ وَسُلَيْمَٰنَ عِلْمًا ۖ وَقَالَا ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ ٱلَّذِى فَضَّلَنَا عَلَىٰ كَثِيرٍ مِّنْ عِبَادِهِ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٥﴾

16. Sulayimani yatoranye kwa se Dawudi ubutumwa, ubumenyi n’ubwami, araheza avuga abwira abantu biwe ati: “Emwe bantu! Twigishijwe gutahura ibivugwa n’inyoni, maze duhabwa n’ububasha bwo gukora ico twipfuza. Mu vy’ukuri, iyi ni yo mpano itomoye iduhesha icubahiro gusumba abandi”.

وَوَرِثَ سُلَيْمَٰنُ دَاوُۥدَ ۖ وَقَالَ يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ عُلِّمْنَا مَنطِقَ ٱلطَّيْرِ وَأُوتِينَا مِن كُلِّ شَىْءٍ ۖ إِنَّ هَٰذَا لَهُوَ ٱلْفَضْلُ ٱلْمُبِينُ ﴿١٦﴾

17. Sulayimani yaregeranirijwe ingabo ziwe mu majini, mu bantu no mu nyoni, zamugendanira aho agiye. Hamwe n’ubwinshi bwazo rero, umugwi wose wari ufise intwazangabo iwurongoye ikanawutondeka neza;

وَحُشِرَ لِسُلَيْمَٰنَ جُنُودُهُۥ مِنَ ٱلْجِنِّ وَٱلْإِنسِ وَٱلطَّيْرِ فَهُمْ يُوزَعُونَ ﴿١٧﴾

18. Izo ngabo rero, zaragiye gushika n’aho zica mu kabande k’ubunyegeri, maze akanyegeri kamwe muri two kavuga kaburira ubundi gati: “Mwa bunyegeri mwe! Nimwinjire mu macumbi yanyu, kugira Sulayimani n’ingabo ziwe ntibahave babahonyanga batazi ko muri ng’aha”.

حَتَّىٰٓ إِذَآ أَتَوْا۟ عَلَىٰ وَادِ ٱلنَّمْلِ قَالَتْ نَمْلَةٌ يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّمْلُ ٱدْخُلُوا۟ مَسَٰكِنَكُمْ لَا يَحْطِمَنَّكُمْ سُلَيْمَٰنُ وَجُنُودُهُۥ وَهُمْ لَا يَشْعُرُونَ ﴿١٨﴾

19. Sulayimani yumvise ukuntu ako kanyegeri kaburiye ubundi bunyegeri, yaramwenyuye yibutse inema yahawe, aca avuga ati: “Mana yanje Rurema Allah! Nshoboza gushima inema zawe Wampaye n’izo Wahaye abavyeyi banje, Unshoboze no gukora ibikorwa vyiza bigushimisha, Wongere Unshire ku mpuhwe zawe mu Bwami bwawe bw’ijuru bwuzuye inema, ndi kumwe n’abaja bawe b’aberanda”.

فَتَبَسَّمَ ضَاحِكًا مِّن قَوْلِهَا وَقَالَ رَبِّ أَوْزِعْنِىٓ أَنْ أَشْكُرَ نِعْمَتَكَ ٱلَّتِىٓ أَنْعَمْتَ عَلَىَّ وَعَلَىٰ وَٰلِدَىَّ وَأَنْ أَعْمَلَ صَٰلِحًا تَرْضَىٰهُ وَأَدْخِلْنِى بِرَحْمَتِكَ فِى عِبَادِكَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿١٩﴾

20. Ni ho rero Sulayimani, yagendura ingabo ziwe z’inyoni kugira arabe ko ata yasivye muri zo, aca abona inyoni itahari, avuga ati: “Mbega vyagenze gute ko ntabona

وَتَفَقَّدَ ٱلطَّيْرَ فَقَالَ مَالِىَ لَآ أَرَى ٱلْهُدْهُدَ أَمْ كَانَ مِنَ ٱلْغَآئِبِينَ ﴿٢٠﴾

inyoni “Hudihudi[1]” nari menyereye kubona, canke yoba iri mu ngabo zasivye!”.

لَأُعَذِّبَنَّهُۥ عَذَابًا شَدِيدًا أَوْ لَأَا۟ذْبَحَنَّهُۥٓ أَوْ لَيَأْتِيَنِّى بِسُلْطَٰنٍ مُّبِينٍ ﴿٢١﴾

21. Amaze kubona ko inyoni Hudihudi yasivye, yaciye avuga ati: “Nta kibuza ntegerezwa guha Hudihudi igihano gikaze canke ndayibage, canke itegerezwa kunzanira icireguzo kigaragara ku catumye isiba”.

فَمَكَثَ غَيْرَ بَعِيدٍ فَقَالَ أَحَطتُ بِمَا لَمْ تُحِطْ بِهِۦ وَجِئْتُكَ مِن سَبَإٍۭ بِنَبَإٍ يَقِينٍ ﴿٢٢﴾

22. Hudihudi yamaze akanya isase ica iraza. Sulayimani agize ngo arayibaza ku catumye isiba, yaciye yiregura ivuga iti: “Burya naronse inkuru utigeze umenya, ni ho nkiva i Saba-i mu gihugu ca Yemeni, nkaba ndakuzaniye inkuru ihambaye namaze gutohoza neza;

إِنِّى وَجَدتُّ ٱمْرَأَةً تَمْلِكُهُمْ وَأُوتِيَتْ مِن كُلِّ شَىْءٍ وَلَهَا عَرْشٌ عَظِيمٌ ﴿٢٣﴾

23. Mu vy’ukuri jewe, nasanze hari umugore ategeka abantu bo muri Saba-i, uyo mugore yahawe ivyiza vyose vy'isi bishoboka, akaba afise n’intebe y’inganji ihambaye, yicarako mu gihe co gutunganya ivy’ubutegetsi bwiwe;

وَجَدتُّهَا وَقَوْمَهَا يَسْجُدُونَ لِلشَّمْسِ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَزَيَّنَ لَهُمُ ٱلشَّيْطَٰنُ أَعْمَٰلَهُمْ فَصَدَّهُمْ عَنِ ٱلسَّبِيلِ فَهُمْ لَا يَهْتَدُونَ ﴿٢٤﴾

24. Nya mugore n’abantu biwe rero, nabasanze basenga bakubamira izuba mu gishingo c’Imana Allah; shetani na yo yarabaryohereje gukora ibikorwa bibi, iraheza ibabera inzitizi mu kwemera Imana Imwe Rudende Allah, ntibashobora rero gutumbera inzira yo kwemera;

أَلَّا يَسْجُدُوا۟ لِلَّهِ ٱلَّذِى يُخْرِجُ ٱلْخَبْءَ فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَيَعْلَمُ مَا تُخْفُونَ وَمَا تُعْلِنُونَ ﴿٢٥﴾

25. Shetani yabaryohereje gukora ivyo bibi, kugira ntibubamire Imana Allah Iserura ibinyegejwe mu majuru n’isi; nk’imvura n’ibimera, n’ibindi, Ikaba Izi neza ivyo mugirira mu mpisho n’ivyo mugirira ku mugaragaro;

ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ رَبُّ ٱلْعَرْشِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٢٦﴾

26. Allah ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, ni Yo Rurema w’Ubuhangamo buhambaye[2]”.

قَالَ سَنَنظُرُ أَصَدَقْتَ أَمْ كُنتَ مِنَ ٱلْكَٰذِبِينَ ﴿٢٧﴾

27. Sulayimani yishuye Hudihudi ati: “Reka turahava twihweza neza iyo nkuru utuzaniye ko wavuze ukuri canke ko hoba harimwo ikinyoma!

ٱذْهَب بِّكِتَٰبِى هَٰذَا فَأَلْقِهْ إِلَيْهِمْ ثُمَّ تَوَلَّ عَنْهُمْ فَٱنظُرْ مَاذَا يَرْجِعُونَ ﴿٢٨﴾

28. Subira ku bantu bo muri Saba-i, maze ugende ujanye n’iri kete ryanje uribahereze, hanyuma wigire ku ruhande hafi yabo ku buryo ushobora kwumva ivyo barivugako”.

قَالَتْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلْمَلَؤُا۟ إِنِّىٓ أُلْقِىَ إِلَىَّ كِتَٰبٌ كَرِيمٌ ﴿٢٩﴾

29. Hudihudi yarashikanye nya kete ku mwamikazi waho; uyo mwamikazi amaze kurisoma, yaciye akoranya abunganizi biwe mu nama, maze Hudihudi yumva wa mwamikazi avuga ati: “Emwe bunganizi banje! Mu vy’ukuri

---

[1] Hudihudi, ni inyoni ikerebutse cane, inyaruka cane kandi ifise ubushobozi budasanzwe bw’ikoreshwa mw’itumatumanako, irarinda inzara n’inyota umwanya munini, ifise umunwa muremure usongoye hamwe n’umubiko muremure w’amubi atonze ku murongo ku mutwe wayo, ishobora guhagarika nya mubiko canke kuwuryamika, ifise ibara ryirabura rirobetse ibara ryera ku mababa no ku murizo, n’ibara risa n’inzahabu ku gatuntu no mw’izosi.

[2] Ubuhangamo “ARSH”, ni co kiremwa kinini cane gusumba ibindi biremwa vyose. Usomye iyi Aayah ukagera ku mpera, uca wubama.

jewe, mpejeje kuronka ikete rihambaye, rirungitswe n'umuntu yubashwe;

30. Iryo kete rivuye kwa Sulayimani, rikaba ritangura riti: "Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo;

إِنَّهُۥ مِن سُلَيْمَٰنَ وَإِنَّهُۥ بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ﴿٣٠﴾

31. Ntimugire amanyama ku vyo ndabararikiye, kandi muze aho ndi mwicishije bugufi muri abislamu"".

أَلَّا تَعْلُوا۟ عَلَىَّ وَأْتُونِى مُسْلِمِينَ ﴿٣١﴾

32. Umwamikazi yavuze ati: "Bunganizi banje! Nimumpanure munyereke ingingo nofata kuri iri kete, sinari gushobora gufata ingingo mutabanje kugira ico mumpanuye, mugaheza mukemeza ico dupfunditse".

قَالَتْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلْمَلَؤُا۟ أَفْتُونِى فِىٓ أَمْرِى مَا كُنتُ قَاطِعَةً أَمْرًا حَتَّىٰ تَشْهَدُونِ ﴿٣٢﴾

33. Ba bunganizi bishuye umwamikazi bati: "Twebwe turafise ingabo zikwiye n'ibirwanisho bikwiye; kandi turi inshirwarimenetse ku rugamba, ingingo ya nyuma rero ikwiye gufatwa na we, raba ico wodutegeka gukora, duheze twubahirize itegeko ryawe".

قَالُوا۟ نَحْنُ أُو۟لُوا۟ قُوَّةٍ وَأُو۟لُوا۟ بَأْسٍ شَدِيدٍ وَٱلْأَمْرُ إِلَيْكِ فَٱنظُرِى مَاذَا تَأْمُرِينَ ﴿٣٣﴾

34. Umwamikazi, yavuze abagabisha ku ngaruka mbi zo guhangana na Sulayimani, ati: "Mu vy'ukuri, iyo abami binjiye n'ingabo zabo bakigarurira agacimbiri ku nguvu, baraheza bakagasambura, abubahwa muri ko, bagacika ba nyarucari basuzuguritse; muri bo hakaba abicwa hakaba n'abagirwa imbohe. Iyo rero, ni yo nyifato y'abami kugira batinyike;

قَالَتْ إِنَّ ٱلْمُلُوكَ إِذَا دَخَلُوا۟ قَرْيَةً أَفْسَدُوهَا وَجَعَلُوٓا۟ أَعِزَّةَ أَهْلِهَآ أَذِلَّةً ۖ وَكَذَٰلِكَ يَفْعَلُونَ ﴿٣٤﴾

35. Mu vy'ukuri jewe, ngira ndungikire Sulayimani n'abantu biwe utuganuke tw'agaciro, mpeze ndamwikundwakazeko, mu kurindira inyishu ihava izanwa n'intumwa ndungitse".

وَإِنِّى مُرْسِلَةٌ إِلَيْهِم بِهَدِيَّةٍ فَنَاظِرَةٌۢ بِمَ يَرْجِعُ ٱلْمُرْسَلُونَ ﴿٣٥﴾

36. Intumwa y'umwamikazi imaze gushika kwa Sulayimani, imuzaniye na twa tuganuke, Sulayimani yatwamiriye kure, ati: "Muntura utuganuke tw'agaciro kugira mungondoze! Ivyo Imana Allah Yandonkeje, Ikangira Intumwa, Ikampa n'ubwami hamwe n'amatungo menshi, birandutira ivyo Yabaronkeje, ahubwo rero mwebwe munezerezwa n'utuganuke muhabwa ku guhurumbira no kwishimira amaronko".

فَلَمَّا جَآءَ سُلَيْمَٰنَ قَالَ أَتُمِدُّونَنِ بِمَالٍ فَمَآ ءَاتَىٰنِۦَ ٱللَّهُ خَيْرٌ مِّمَّآ ءَاتَىٰكُم ۖ بَلْ أَنتُم بِهَدِيَّتِكُمْ تَفْرَحُونَ ﴿٣٦﴾

37. Sulayimani yongera abwira ya ntumwa yarungitswe n'umwamikazi wa Saba-i ati: "Subirayo n'utuganuke twanyu, ndarahiye kw'izina ry'Imana Allah, ko nzoza ndabazaniye ingabo badashobora guhangana na zo, nta n'inkeka ko tuzobomora mu gihugu cabo basuzuguritse nibatemera gusenga Imana Imwe Rudende Allah".

ٱرْجِعْ إِلَيْهِمْ فَلَنَأْتِيَنَّهُم بِجُنُودٍ لَّا قِبَلَ لَهُم بِهَا وَلَنُخْرِجَنَّهُم مِّنْهَآ أَذِلَّةً وَهُمْ صَٰغِرُونَ ﴿٣٧﴾

38. Sulayimani yabwiye abari ng'aho mu ngabo ziwe ati: "Ni nde muri mwebwe yonzanira ng'aha intebe y'inganji y'uyu mwamikazi, imbere yuko abantu bo muri Saba-i

قَالَ يَٰٓأَيُّهَا ٱلْمَلَؤُا۟ أَيُّكُمْ يَأْتِينِى بِعَرْشِهَا قَبْلَ أَن يَأْتُونِى مُسْلِمِينَ ﴿٣٨﴾

n'umwamikazi wabo baza iwanje bicishije bugufi, ari abislamu?".

قَالَ عِفْرِيتٌ مِّنَ ٱلْجِنِّ أَنَا۠ ءَاتِيكَ بِهِۦ قَبْلَ أَن تَقُومَ مِن مَّقَامِكَ ۖ وَإِنِّى عَلَيْهِ لَقَوِىٌّ أَمِينٌ ﴿٣٩﴾

39. Igihangange mu Majini cavuze giti: "Jewe, ndashoboye kuyikuzanira imbere yuko uhaguruka mu cicaro cawe co gutunganiriza abantu, kandi jewe mu vy'ukuri ndafise inguvu zo kuyishikana ng'aha ata cononekaye, ndi n'umwizigirwa".

قَالَ ٱلَّذِى عِندَهُۥ عِلْمٌ مِّنَ ٱلْكِتَٰبِ أَنَا۠ ءَاتِيكَ بِهِۦ قَبْلَ أَن يَرْتَدَّ إِلَيْكَ طَرْفُكَ ۚ فَلَمَّا رَءَاهُ مُسْتَقِرًّا عِندَهُۥ قَالَ هَٰذَا مِن فَضْلِ رَبِّى لِيَبْلُوَنِىٓ ءَأَشْكُرُ أَمْ أَكْفُرُ ۖ وَمَن شَكَرَ فَإِنَّمَا يَشْكُرُ لِنَفْسِهِۦ ۖ وَمَن كَفَرَ فَإِنَّ رَبِّى غَنِىٌّ كَرِيمٌ ﴿٤٠﴾

40. Uwahawe ubumenyi bw'Igitabu yavuze ati: "Jewe, ndashoboye kuyikuzanira imbere yuko ukubita urugohe". Sulayimani yapfuye kumurekurira, aca asaba Imana Allah ubwo nyene aba yashikanye ng'aho nya ntebe y'inganji. Sulayimani amaze kubona ya ntebe iri iwe, yaciye avuga ati: "Iyi, ni mu mpano z'Imana yanje Rurema Allah Impa, kugira Ingerageze ko nshima canke ngarariza mu kudashima! Burya uwushimiye Imana Allah, ni ukuri aba ashimye ku neza yiwe; nayo uwugararije mu kutayishimira, burya Imana yanje Rurema Allah, ni Uwikenuye, Yikenuye muri vyose; Mugiraneza, Iha ico Ishatse uwo Ishatse mu buryo Ishatse".

قَالَ نَكِّرُوا۟ لَهَا عَرْشَهَا نَنظُرْ أَتَهْتَدِىٓ أَمْ تَكُونُ مِنَ ٱلَّذِينَ لَا يَهْتَدُونَ ﴿٤١﴾

41. Ni ho rero Sulayimani yaca avuga ati: "Nimuyoberanye intebe y'inganji y'uyo mwamikazi, maze turabe ko ahava amenya ko ari iyiwe canke ko atari iyiwe".

فَلَمَّا جَآءَتْ قِيلَ أَهَٰكَذَا عَرْشُكِ ۖ قَالَتْ كَأَنَّهُۥ هُوَ ۚ وَأُوتِينَا ٱلْعِلْمَ مِن قَبْلِهَا وَكُنَّا مُسْلِمِينَ ﴿٤٢﴾

42. Wa mwamikazi wa Saba-i amaze gushika kwa Sulayimani, yabajijwe ati: "Mbega intebe y'inganji yawe yoba imeze nk'ukwo?". Wa mwamikazi yishura ati: "Mbona isa nkayo!". Ni ho rero Sulayimani yatahura ko nya mwamikazi yamaze kumenya ububasha bw'Imana Allah, aca avuga ati: "Twari twahawe kumenya ububasha bw'Imana Allah imbere yuko nya mwamikazi abumenya, turaheza twicisha bugufi tuba abislamu".

وَصَدَّهَا مَا كَانَت تَّعْبُدُ مِن دُونِ ٱللَّهِ ۖ إِنَّهَا كَانَتْ مِن قَوْمٍ كَٰفِرِينَ ﴿٤٣﴾

43. Icabujije nya mwamikazi gusenga Imana Imwe Rudende Allah, ni uko yasenga mu gishingo cayo ibigirwamana kuko yakuriye mu bagarariji, ahandi ho nya mwamikazi yari ashoboye gutandukanya ukuri n'ikinyoma.

قِيلَ لَهَا ٱدْخُلِى ٱلصَّرْحَ ۖ فَلَمَّا رَأَتْهُ حَسِبَتْهُ لُجَّةً وَكَشَفَتْ عَن سَاقَيْهَا ۚ قَالَ إِنَّهُۥ صَرْحٌ مُّمَرَّدٌ مِّن قَوَارِيرَ ۗ قَالَتْ رَبِّ إِنِّى ظَلَمْتُ نَفْسِى وَأَسْلَمْتُ مَعَ سُلَيْمَٰنَ لِلَّهِ رَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٤٤﴾

44. Nya mwamikazi yabwiwe ati: "Shika winjire rero mu kirimba". Nya kirimba cari gishashwe n'ibiyo bibonerana hasi, musi yavyo hatemba amazi. Nya mwamikazi abonye nya biyo bishashe hasi, yibwiye ko ari amazi, aca akutsa impuzu kugira ayacemwo; Sulayimani amubonye, aca amubwira ati: "Ivyo, ni ibiyo bibonerana bishashe hasi, amazi aca musi yavyo". Ni ho rero nya mwamikazi yatahura ko ubwami bwa Sulayimani buhambaye, maze aca avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Jewe mu vy'ukuri narirenganije mu kukubangikanya, nicishije bugufi rero mu gukurikira hamwe na Sulayimani idini

ry'ubwislamu, idini ry'Imana Rurema Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose".

45. Ni ukuri Twebwe Allah, Twararungitse kuri Bene Thamuudi mwenewabo Swalehe, kugira abararikire kwemera Imana Allah, araheza ababwira ati: "Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose, munayisenga ari Imwe Rudende mutayibangikanya". Ni ho baca bicamwo imigwi ibiri: abamwemera n'abamugarariza, umugwi wose muri yo ukemeza ko ari wo uri mu kuri.

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَآ إِلَىٰ ثَمُودَ أَخَاهُمْ صَٰلِحًا أَنِ ٱعْبُدُواْ ٱللَّهَ فَإِذَا هُمْ فَرِيقَانِ يَخْتَصِمُونَ ﴿٤٥﴾

46. Swalehe yabwiye umugwi w'abamugarariza ati: "Ni kuki, aho nyene mwihutira kugarariza no gukora ibibi mwohanirwa, ha kwihutira ukwemera n'ugukora ivyiza mwohemberwa! Mbega ntimwopfuma musaba Imana Allah imbabazi, mukigaya ku vyaha vyanyu kugira Ibagirire impuhwe!".

قَالَ يَٰقَوْمِ لِمَ تَسْتَعْجِلُونَ بِٱلسَّيِّئَةِ قَبْلَ ٱلْحَسَنَةِ ۖ لَوْلَا تَسْتَغْفِرُونَ ٱللَّهَ لَعَلَّكُمْ تُرْحَمُونَ ﴿٤٦﴾

47. Abagarariji bishuye Swalehe bati: "Wewe hamwe n'abinjiye mw'idini ryawe, muraduteye umwaku koko". Swalehe yaciye abishura ati: "Icobashikira cose, caba iciza canke ikibi, kizoba caragezwe n'Imana Allah kuri mwebwe, ahubwo rero mwebwe muri abantu mugeragezwa ku butunzi no ku bukene, co kimwe no kugeragezwa ku ciza n'ikibi".

قَالُواْ ٱطَّيَّرْنَا بِكَ وَبِمَن مَّعَكَ ۚ قَالَ طَٰٓئِرُكُمْ عِندَ ٱللَّهِ ۖ بَلْ أَنتُمْ قَوْمٌ تُفْتَنُونَ ﴿٤٧﴾

48. Mu gisagara[1] ca Swalehe rero, hari abantu b'ibigaba icenda bagenzwa n'ubwononyi kw'isi; ntibigera bakora ibitunganye namba;

وَكَانَ فِى ٱلْمَدِينَةِ تِسْعَةُ رَهْطٍ يُفْسِدُونَ فِى ٱلْأَرْضِ وَلَا يُصْلِحُونَ ﴿٤٨﴾

49. Abo bantu icenda, babwiranye hagati yabo bati: "Umwumwe wese, narahire kw'izina ry'Imana Allah, ko dutegerezwa gutera giturumbuka Swalehe mw'ijoro, maze tukamwica we hamwe n'umuryango wiwe; hanyuma bukeye, nta nkeka ko tuzobwira umuhagarikizi wiwe azoshaka kumwihorera, ko tutigeze tumenya uko yapfuye, duheze turahire turengwe ko turi imvugakuri koko mu vyo tuvuze".

قَالُواْ تَقَاسَمُواْ بِٱللَّهِ لَنُبَيِّتَنَّهُۥ وَأَهْلَهُۥ ثُمَّ لَنَقُولَنَّ لِوَلِيِّهِۦ مَا شَهِدْنَا مَهْلِكَ أَهْلِهِۦ وَإِنَّا لَصَٰدِقُونَ ﴿٤٩﴾

50. Ni ho bategura nya gutegura uwo mugambi mubi wo kwica Swalehe hamwe n'umuryango wiwe, maze Twebwe Allah Turahinyura nya mugambi, Turaheza Dukingira Swalehe n'umuryango wiwe, ntibicwa, Duca Duhana nya bantu b'ibigaba giturumbuka ata vyo bari biteze.

وَمَكَرُواْ مَكْرًا وَمَكَرْنَا مَكْرًا وَهُمْ لَا يَشْعُرُونَ ﴿٥٠﴾

51. Ntumwa y'Imana! Ehe raba rero ukuntu iherezo ry'umugambi wabo mubi ryagenze; ni ukuri, Twararanduranye n'imizi nya bigaba hamwe n'abantu bavyo bose;

فَٱنظُرْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ مَكْرِهِمْ أَنَّا دَمَّرْنَٰهُمْ وَقَوْمَهُمْ أَجْمَعِينَ ﴿٥١﴾

[1] Ico gisagara, ubu kiri ahitwa "Al-Hijri" mu buraruko bushira uburengero bw'ikigobe c'Abarabu.

فَتِلْكَ بُيُوتُهُمْ خَاوِيَةًۢ بِمَا ظَلَمُوٓاْ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَةً لِّقَوْمٍ يَعْلَمُونَ ﴿٥٢﴾

52. Ng'iyo n'imihana yabo yasigaye igaragara ata n'igisanira kiharangwa, Twabahoneje ku kwirenganya kwabo mw'ibangikanyamana no mu guhakana bivuye inyuma Intumwa Swalehe. Mu vy'ukuri mw'ihonywa rya Bene Thamuudi, ni ukuri harimwo inkebuzo ku bantu bihweza bakamenya ukuntu Twabahanye.

وَأَنجَيْنَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَكَانُواْ يَتَّقُونَ ﴿٥٣﴾

53. Twaranarokoye mu bihano vy'ihonywa rya Bene Thamuudi Swalehe (nyakugira amahoro y'Imana Allah) hamwe n'abemeramana bari kumwe, bakanikingira n'ibihano vy'Imana Allah mu kuyemera.

وَلُوطًا إِذْ قَالَ لِقَوْمِهِۦٓ أَتَأْتُونَ ٱلْفَٰحِشَةَ وَأَنتُمْ تُبْصِرُونَ ﴿٥٤﴾

54. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'inkuru ya Luutwi igihe yabwira abantu biwe yarungitsweko ati: "Karashize ingani mwubahuke gukora akaranda kandi mubona inkurikizi mbi zako!

أَئِنَّكُمْ لَتَأْتُونَ ٱلرِّجَالَ شَهْوَةً مِّن دُونِ ٱلنِّسَآءِۚ بَلْ أَنتُمْ قَوْمٌ تَجْهَلُونَ ﴿٥٥﴾

55. Ubwo vy'ukuri, murubahuka kwabira abagabo nkamwe mukabipfuza, ha kwipfuza abagore! Ahubwo rero, mwebwe muri abantu badatahura agateka k'Imana Allah kuri mwebwe, ari na co gituma muca kubiri n'amabwirizwa yayo, mukanahakana n'Intumwa yayo!".

۞فَمَا كَانَ جَوَابَ قَوْمِهِۦٓ إِلَّآ أَن قَالُوٓاْ أَخْرِجُوٓاْ ءَالَ لُوطٍ مِّن قَرْيَتِكُمْۖ إِنَّهُمْ أُنَاسٌ يَتَطَهَّرُونَ ﴿٥٦﴾

56. Ico gihe, nta nyishu yatanzwe n'abantu ba Luutwi, atari ukubwirana hagati yabo bati: "Luutwi n'umuryango wiwe, nimubomore mu gisagara canyu. Mu vy'ukuri, bo ni abantu biyubashe[1]!".

فَأَنجَيْنَٰهُ وَأَهْلَهُۥٓ إِلَّا ٱمْرَأَتَهُۥ قَدَّرْنَٰهَا مِنَ ٱلْغَٰبِرِينَ ﴿٥٧﴾

57. Ni ho Twebwe Allah, Twategeka Luutwi n'umuryango wiwe kuva muri nya gisagara, Turaheza Tubarokora mu bihano vyari bigiye gushika, kiretse umugore wiwe yahonejwe mu bandi kuko yashigikira ingeso zabo mbi.

وَأَمْطَرْنَا عَلَيْهِم مَّطَرًاۖ فَسَآءَ مَطَرُ ٱلْمُنذَرِينَ ﴿٥٨﴾

58. Twabahanishije rero imvura y'amabuye mu kububikako igisagara cabo. Yari imvura y'amabuye y'akataraboneka, yahoneje abagabishijwe ku bihano vy'Imana Allah maze bica amatwi.

قُلِ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ وَسَلَٰمٌ عَلَىٰ عِبَادِهِ ٱلَّذِينَ ٱصْطَفَىٰٓۗ ءَآللَّهُ خَيْرٌ أَمَّا يُشْرِكُونَ ﴿٥٩﴾

59. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Nihashimagizwe Imana Allah, nihasangwe amahoro n'umutekano bivuye kuri Yo, abaja bayo Yatoye kuba Intumwa", uheze ubaze ababangikanyamana uti: "Mbega burya Imana Allah Ishoboye kugira ico Ibamariye n'ico Ibiciye, si Yo Nziza Ikwiye gusengwa, canke ni ibigirwamana muyibangikanya kandi ata co vyimariye, ata n'ico vyiyiciye, nkeswe kugira ico bibamariye n'ico bibatwaye!".

أَمَّنْ خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ وَأَنزَلَ لَكُم مِّنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَأَنۢبَتْنَا بِهِۦ حَدَآئِقَ

60. Babaze kandi uti: "Mbega burya Imana Allah Yaremye amajuru n'isi, Ikanabamanurira n'imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, gutyo Ikabatotahariza imirima iteye igomwe, mutari gupfa munagishije ibiti vyayo ku bwanyu

[1] Bababwiye ukwo ku gashinyaguro.

ذَاتَ بَهۡجَةٖ مَّا كَانَ لَكُمۡ أَن تُنۢبِتُواْ شَجَرَهَآۗ أَءِلَٰهٞ مَّعَ ٱللَّهِۚ بَلۡ هُمۡ قَوۡمٞ يَعۡدِلُونَ ٦٠

iyo hataba nya mvura yaguye ku bw'Imana Allah, si Yo Ikwiye gusengwa! None hoba hariho iyindi mana yaremye nk'ivyo, kugira ngo iheze isengwe mu gishingo c'Imana Allah!". Ahubwo rero ababangikanyamana, ni abantu bahusha inzira y'ukwemera vy'ukuri, bagaheza bakabangikanya Imana Allah n'ibiremwa vyayo.

أَمَّن جَعَلَ ٱلۡأَرۡضَ قَرَارٗا وَجَعَلَ خِلَٰلَهَآ أَنۡهَٰرٗا وَجَعَلَ لَهَا رَوَٰسِيَ وَجَعَلَ بَيۡنَ ٱلۡبَحۡرَيۡنِ حَاجِزًاۗ أَءِلَٰهٞ مَّعَ ٱللَّهِۚ بَلۡ أَكۡثَرُهُمۡ لَا يَعۡلَمُونَ ٦١

61. Ongera ubaze ababangikanyamana uti: "Mbega burya Imana Allah, Yatururuje isi Ikanayicako inzuzi, Ikayishirako n'imisozi iyishigikiye nk'imambo, Igashira no kw'ihuriro ry'amabahari abiri atandukanye mu kanovera k'amazi, agakingo gatuma amazi y'akanovera ya rimwe muri nya mabahari atavangana n'ayandi y'icunyunyu y'irindi bahari bihurira hamwe, si Yo Ikwiye gusengwa! None hoba hariho iyindi mana yaremye nk'ivyo, kugira ngo iheze isengwe mu gishingo c'Imana Allah!". Ahubwo rero abenshi mu babangikanyamana, ntibazi icubahiro c'Imana Allah ngo baheze bayisenge batayibangikanya.

أَمَّن يُجِيبُ ٱلۡمُضۡطَرَّ إِذَا دَعَاهُ وَيَكۡشِفُ ٱلسُّوٓءَ وَيَجۡعَلُكُمۡ خُلَفَآءَ ٱلۡأَرۡضِۗ أَءِلَٰهٞ مَّعَ ٱللَّهِۚ قَلِيلٗا مَّا تَذَكَّرُونَ ٦٢

62. Subira ubabaze uti: "Mbega burya Imana Allah Ikemurira ibibazo umunyavyago igihe ayitakambiye akayisaba, Ikanakura abantu mu kabi kabashikiye, Ikanabagira abasubirizi b'abo hambere yanyu mu gukurakuranwa kw'isi, si Yo Ikwiye gusengwa! None hoba hariho iyindi mana ibaronsa inema nk'izo, ngo iheze isengwe mu gishingo c'Imana Allah! Burya mwibuka gake ngo mwikebuke;

أَمَّن يَهۡدِيكُمۡ فِي ظُلُمَٰتِ ٱلۡبَرِّ وَٱلۡبَحۡرِ وَمَن يُرۡسِلُ ٱلرِّيَٰحَ بُشۡرَۢا بَيۡنَ يَدَيۡ رَحۡمَتِهِۦٓۗ أَءِلَٰهٞ مَّعَ ٱللَّهِۚ تَعَٰلَى ٱللَّهُ عَمَّا يُشۡرِكُونَ ٦٣

63. Mbega burya Imana Allah Ibarongora Ikabazimurura mu muzimagiza w'imusozi no mw'ibahari iyo muzimiye inzira, Ikanatuma umuyaga usunika ibicu, ugatanga n'umwizero w'imvura ko igiye kugwa ku burenganzira bwayo, maze ibiremwa bikaboneraho kuronka impuhwe zayo, si Yo Ikwiye gusengwa! None hoba hariho iyindi mana ishoboye kubakorera nk'ivyo, ngo iheze isengwe mu gishingo c'Imana Allah! Imana Allah, nihabwe icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayibangikanya;

أَمَّن يَبۡدَؤُاْ ٱلۡخَلۡقَ ثُمَّ يُعِيدُهُۥ وَمَن يَرۡزُقُكُم مِّنَ ٱلسَّمَآءِ وَٱلۡأَرۡضِۗ أَءِلَٰهٞ مَّعَ ٱللَّهِۚ قُلۡ هَاتُواْ بُرۡهَٰنَكُمۡ إِن كُنتُمۡ صَٰدِقِينَ ٦٤

64. Mbega burya Imana Allah Yatanguye kurema ibiremwa ata co Irinze gufatirako, Ikaba Ishoboye kuvyaka ubuzima bigapfa, hanyuma Ikabisubiza ubuzima bikazuka, Ikanabironsa ibibibeshaho mu gutuma hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, maze isi igatotahara, si Yo Ikwiye gusengwa! None hoba hariho iyindi mana ishoboye gukora nk'ivyo, ngo iheze isengwe mu gishingo c'Imana Allah! Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Enda nyabuna rero, nimuzane ivyemezo vyanyu nimwaba muri

imvugakuri, ko Imana Allah Ifise ababangikanije na Yo mu bwami no mu gusengwa!”.

65. Ntumwa y’Imana! Vuga ubwire ababangikanyamana uti: “Nta n’umwe mu biremwa biri mu majuru no kw’isi azi ibinyegejwe ibiremwa, atari Imana Allah Yo Yonyene gusa, eka na nya biremwa ntibizi n’igihe bizozukirako;

قُل لَّا يَعۡلَمُ مَن فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ ٱلۡغَيۡبَ إِلَّا ٱللَّهُۚ وَمَا يَشۡعُرُونَ أَيَّانَ يُبۡعَثُونَ ٦٥

66. Ahubwo bazomenya neza ibinyegejwe igihe babibonye ukuri kwamye mu buzima bw’inyuma yo gupfa, mu gihe bakiri kw’isi bahorana amakenga ko nya buzima butabaho, ahubwo rero ababangikanyamana, ni ibipfamaso”.

بَلِ ٱدَّٰرَكَ عِلۡمُهُمۡ فِي ٱلۡأٓخِرَةِۖ بَلۡ هُمۡ فِي شَكّٖ مِّنۡهَاۖ بَلۡ هُم مِّنۡهَا عَمُونَ ٦٦

67. Abahakanye bivuye inyuma ko ata Mana Imwe Rudende Ibaho, barinamuye bati: “Ubwo none ga ntuze! Nitwamara gupfa twebwe hamwe n’abavyeyi bacu tugacika ivu, burya tuzosubizwa ubuzima nk’uko twahora kw’isi!

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓاْ أَءِذَا كُنَّا تُرَٰبًا وَءَابَآؤُنَآ أَئِنَّا لَمُخۡرَجُونَ ٦٧

68. Ni ukuri, kuva kera na rindi, twarasezeraniwe twebwe hamwe n’abavyeyi bacu ko tuzozuka, ariko gushika n’ubu nta kiraba! Iri sezerano ry’izurwa ry’ibiremwa, si ikindi kiretse ko ari imigani n’ibitito vy’ab’aho hambere”.

لَقَدۡ وُعِدۡنَا هَٰذَا نَحۡنُ وَءَابَآؤُنَا مِن قَبۡلُ إِنۡ هَٰذَآ إِلَّآ أَسَٰطِيرُ ٱلۡأَوَّلِينَ ٦٨

69. Ntumwa y’Imana! Vuga ubwire abahakana bivuye inyuma izurwa ry’ibiremwa, uti: “Ehe nimugendagende kw’isi, muheze mwirabire iherezo ry’abanyavyaha barenga ku mabwirizwa y’Imana Allah, uko ryagenze”.

قُلۡ سِيرُواْ فِي ٱلۡأَرۡضِ فَٱنظُرُواْ كَيۡفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلۡمُجۡرِمِينَ ٦٩

70. Ntumwa y’Imana! Ntukicwe n’intuntu y’ukudashoka wumvirwa, eka ntukicwe n’agahinda gatewe n’imitego bagutega, kuko Imana Allah Izogushikana ku ntsinzi.

وَلَا تَحۡزَنۡ عَلَيۡهِمۡ وَلَا تَكُن فِي ضَيۡقٖ مِّمَّا يَمۡكُرُونَ ٧٠

71. Ababangikanyamana bavuga bati: “Iryo sango ryo guhanirwako ku musi w’izuka, rizoshika ryari ga Muhama! Wewe n’abemeramana muri kumwe, nimwaba muri imvugakuri, nimutubwire isango ry’uyo musi!”.

وَيَقُولُونَ مَتَىٰ هَٰذَا ٱلۡوَعۡدُ إِن كُنتُمۡ صَٰدِقِينَ ٧١

72. Ntumwa y’Imana! Vuga ubwire ababangikanyamana uti: “Tenyenya! Kumbure hari n’aho bimwe mu bihano mwihutisha, vyoba biri hafi gushika”.

قُلۡ عَسَىٰٓ أَن يَكُونَ رَدِفَ لَكُم بَعۡضُ ٱلَّذِي تَسۡتَعۡجِلُونَ ٧٢

73. Mu vy’ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni Nyeningabirano ku bantu mu kutihutira kubahana mu gihe bayigararije; ariko rero abenshi muri bo, ntibayishimira kuri iyo ngabirano ngo baheze bayisenge ari Imwe Rudende.

وَإِنَّ رَبَّكَ لَذُو فَضۡلٍ عَلَى ٱلنَّاسِ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَهُمۡ لَا يَشۡكُرُونَ ٧٣

74. Mu vy’ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri Irazi neza ibihishijwe mu bikiriza vy’ibiremwa vyayo n’ivyo bigaragaza.

وَإِنَّ رَبَّكَ لَيَعۡلَمُ مَا تُكِنُّ صُدُورُهُمۡ وَمَا يُعۡلِنُونَ ٧٤

75. Nta n’ikintu na kimwe kinyegejwe ibiremwa mw’ijuru no mw’isi, kiretse ko kiri mu Gitabu nyezina “Lawhu

وَمَا مِنۡ غَآئِبَةٖ فِي ٱلسَّمَآءِ وَٱلۡأَرۡضِ إِلَّا فِي كِتَٰبٖ مُّبِينٍ ٧٥

Mahfuudhw” gitomora kigahetura vyose ku Mana Allah; vyaba ari ivyo muri kahise canke muri kazoza.

إِنَّ هَٰذَا ٱلْقُرْءَانَ يَقُصُّ عَلَىٰ بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ أَكْثَرَ ٱلَّذِى هُمْ فِيهِ يَخْتَلِفُونَ ﴿٧٦﴾

76. Mu vy’ukuri iyi Qor’ani, iriganira Bene Israyeli ukuri kuri vyinshi bahazanyeko.

وَإِنَّهُۥ لَهُدًى وَرَحْمَةٌ لِّلْمُؤْمِنِينَ ﴿٧٧﴾

77. Kandi mu vy’ukuri iyo Qor’ani, ni uburongozi n’impuhwe ku bemeramana bayemera bakanayigendera.

إِنَّ رَبَّكَ يَقْضِى بَيْنَهُم بِحُكْمِهِۦ ۚ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْعَلِيمُ ﴿٧٨﴾

78. Ntumwa y’Imana! Mu vy’ukuri Imana yawe Rurema Allah, Izocira urugororotse abahazana mu kutemera ukuri, maze Ihane ibigaba muri bo, Iheze Ihembe n’abagororotsi, ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenubumenyikurivyose;

فَتَوَكَّلْ عَلَى ٱللَّهِ ۖ إِنَّكَ عَلَى ٱلْحَقِّ ٱلْمُبِينِ ﴿٧٩﴾

79. Niwishimikize rero Imana Allah uheze uyizere muri vyose. Mu vy’ukuri wewe, uri mu kuri gutomoye kutagiramwo amakenga namba.

إِنَّكَ لَا تُسْمِعُ ٱلْمَوْتَىٰ وَلَا تُسْمِعُ ٱلصُّمَّ ٱلدُّعَآءَ إِذَا وَلَّوْا۟ مُدْبِرِينَ ﴿٨٠﴾

80. Ntumwa y’Imana! Mu vy’ukuri, ntushobora kurongora ibipfamutima bitanyurwa ngo ubishoboze kwumva ukuri ngo bigukurikire, eka ntushobora no kurongora ibipfamatwi ngo ubishoboze kwumva no gutegera ubutumwa, mu gihe bigenza umugongo bikwirengagiza[1];

وَمَآ أَنتَ بِهَٰدِى ٱلْعُمْىِ عَن ضَلَٰلَتِهِمْ ۖ إِن تُسْمِعُ إِلَّا مَن يُؤْمِنُ بِـَٔايَٰتِنَا فَهُم مُّسْلِمُونَ ﴿٨١﴾

81. Eka ntunashobora no kurongora mu gushoboza gutumbera inzira y’ukuri, abo Imana Allah Yahumishije mu kutabona ukuri, gutyo bagahuba ku bugaba bwabo; burya ico ushoboye, ni ukwumvisha gusa abemeye Aayah zacu za Qor’ani bagaheza bakicisha bugufi mu kwubahiriza ivyo ubararikiye.

وَإِذَا وَقَعَ ٱلْقَوْلُ عَلَيْهِمْ أَخْرَجْنَا لَهُمْ دَآبَّةً مِّنَ ٱلْأَرْضِ تُكَلِّمُهُمْ أَنَّ ٱلنَّاسَ كَانُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا لَا يُوقِنُونَ ﴿٨٢﴾

82. Igihe rero hageze ko bahanwa ku kurendegera kwabo mu vyaha no kwirengagiza amabwirizwa y’Imana Allah, Twebwe Allah Tuzoheza Duserure kimwe mu bimenyetso rutura vy’umuhero w’isi; kikaba ari ikinyamaswa Tuzosokorora kivuye mu kuzimu, giheze kibavugishe kibereka ko abantu bahakana izurwa ry’ibiremwa, batigeze bemera Aayah zacu za Qor’ani ngo bazigendere, n’uko batigeze bemera n’Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) ngo bayikurikire.

وَيَوْمَ نَحْشُرُ مِن كُلِّ أُمَّةٍ فَوْجًا مِّمَّن يُكَذِّبُ بِـَٔايَٰتِنَا فَهُمْ يُوزَعُونَ ﴿٨٣﴾

83. Umusi rero Twebwe Allah, Twegeranirije hamwe abantu bahakana bivuye inyuma Aayah zacu, bavuye mu mugwi umwumwe warungikiwe Intumwa, maze bagashorerwa kugira baharurirwe;

حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءُو قَالَ أَكَذَّبْتُم بِـَٔايَٰتِى وَلَمْ تُحِيطُوا۟ بِهَا عِلْمًا أَمَّاذَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٨٤﴾

84. Gushika aho begeranirizwa hamwe, maze Imana Allah Ibabwire Iti: “Mbega mwarahakanye mwivuye inyuma Aayah zanje Narungikanye Intumwa, muhakana

[1] Ntumwa y’Imama! Ntugatuntuzwe rero n’ukubona ababangikanyamana batakwemera ngo bagukurikire, kuko bo ni nka ba nyamuragi ntibumva, ni nk’abapfuye ntibanyurwa namba n’aho boba bari hambavu yawe, nkeswe rero mu gihe baguhunga ngo ntibumve n’ubutumwa ubashikiriza.

n’ivyemezo hamwe n’ibitangaro Naberetse vyerekana ko ari Jewe Nkwiye gusengwa Ntabangikanywa, ivyo vyose rero ntimwari mwabihetuye mu bumenyi bwemeza ko atari ivy’ukuri, mbega hoho mwahoze mukora iki!”;

85. Ibihano rero bizoheza bibagire kuko birenganije mu buhakanyi, ntibazonaronka n’ico bavuga mu kwiregura ngo bakurweko nya bihano.

وَوَقَعَ ٱلْقَوْلُ عَلَيْهِم بِمَا ظَلَمُوا۟ فَهُمْ لَا يَنطِقُونَ ﴿٨٥﴾

86. Mbega abahakanye Aayah zacu za Qor’ani, ntibabonye ko Twebwe Allah Twabagiriye ijoro kugira baturure, baheze baruhuke; Tukanabagirira umurango kuba habona kugira barondere icorirenza! Mu vy’ukuri, muri ukwo gukurakuranwa kw’ijoro n’umurango, ni ukuri harimwo ivyemezo ku bantu bemera ubushobozi n'ububasha vy’Imana Allah, bagaheza bakayisenga ari Imwe Rudende.

أَلَمْ يَرَوْا۟ أَنَّا جَعَلْنَا ٱلَّيْلَ لِيَسْكُنُوا۟ فِيهِ وَٱلنَّهَارَ مُبْصِرًا ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ ﴿٨٦﴾

87. Ntumwa y’Imana! Ibuka umusi umumalayika yavugije inzamba, maze ibiremwa biri mu majuru n’ibiri mw’isi bigatekerwa n’ubwoba havuyemwo uwo Imana Allah Ishatse Ikamutekanisha, ibiremwa vyose rero bizoja ku Mana Allah vyicishije bugufi.

وَيَوْمَ يُنفَخُ فِى ٱلصُّورِ فَفَزِعَ مَن فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَن فِى ٱلْأَرْضِ إِلَّا مَن شَآءَ ٱللَّهُ ۚ وَكُلٌّ أَتَوْهُ دَٰخِرِينَ ﴿٨٧﴾

88. Uzobona imisozi, maze wiyumvire ko ihagaze bwuma kandi iriko iragenda bukebuke nk’igenda ry’ibicu bisunitswe n’umuyaga; ico, ni igikorwa c’Imana Allah Yo Yaremye ikintu cose, maze Ikakiringaniza neza. Mu vy’ukuri Imana Allah, ni Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mugira vyose, kandi Izobibahembera.

وَتَرَى ٱلْجِبَالَ تَحْسَبُهَا جَامِدَةً وَهِىَ تَمُرُّ مَرَّ ٱلسَّحَابِ ۚ صُنْعَ ٱللَّهِ ٱلَّذِىٓ أَتْقَنَ كُلَّ شَىْءٍ ۚ إِنَّهُۥ خَبِيرٌۢ بِمَا تَفْعَلُونَ ﴿٨٨﴾

89. Abazoza rero ku musi w’izuka baremeye Imana Imwe Rudende Allah, bakaba baranakoze n’ivyiza bitegetswe, bazoheza bahabwe n’Imana Allah indishi nziza ihambaye y’Ubwami bw’ijuru, kandi bobo bazoba batekanye kuri uwo musi ibiremwa bizotekerwa n’ubwoba.

مَن جَآءَ بِٱلْحَسَنَةِ فَلَهُۥ خَيْرٌ مِّنْهَا وَهُم مِّن فَزَعٍ يَوْمَئِذٍ ءَامِنُونَ ﴿٨٩﴾

90. Nayo abazoza kuri nya musi barabangikanije Imana Allah, bakaba baranakoze n’ivyaha, bazoheza batabwe mu muriro bubitse inda, hanyuma babwirwe ku gashinyaguro n'akantu bati: “Mbega mugira ngo murahembwa kiretse ku vyo mwakoze kw’isi!”.

وَمَن جَآءَ بِٱلسَّيِّئَةِ فَكُبَّتْ وُجُوهُهُمْ فِى ٱلنَّارِ هَلْ تُجْزَوْنَ إِلَّا مَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٩٠﴾

91. Ntumwa y’Imana! Bwira abantu bose uti: “Ni ukuri, nategetswe gusenga Imana Rurema w’iki gisagara ca Makka, Imana Allah Yaziririje ku biremwa ko, nya gisagara giseserwamwo amaraso ku karenganyo, ko hatagira n’umwe akirenganirizwamwo, ko ata gihigwa c’aho gihigirwamwo, canke ngo hagire igiti c’aho cicirirwamwo,

إِنَّمَآ أُمِرْتُ أَنْ أَعْبُدَ رَبَّ هَٰذِهِ ٱلْبَلْدَةِ ٱلَّذِى حَرَّمَهَا وَلَهُۥ كُلُّ شَىْءٍ ۖ وَأُمِرْتُ أَنْ أَكُونَ مِنَ ٱلْمُسْلِمِينَ ﴿٩١﴾

ni na Yo Nyeningingo ku kintu cose. Naranategetswe no kuba ndi mu bislamu bicisha bugufi mu kwubahiriza amabwirizwa;

92. Nategetswe no gusomera abantu Qor'ani". Kubera ivyo rero, uwuzotumbera inzira igorororotse akagendera Qor'ani, ni ukuri ni we nyene bizogirira akamaro; nayo uwuzohuba iyo nzira akaba intumva, Ntumwa y'Imana! Uraheza umubwire uti: "Ni ukuri jewe, ndi mu bagabisha ku bihano vy'Imana Allah, sinjejwe kubahatira kwemera".

وَأَنْ أَتْلُوَا۟ ٱلْقُرْءَانَ ۖ فَمَنِ ٱهْتَدَىٰ فَإِنَّمَا يَهْتَدِى لِنَفْسِهِۦ ۖ وَمَن ضَلَّ فَقُلْ إِنَّمَآ أَنَا۠ مِنَ ٱلْمُنذِرِينَ ﴿٩٢﴾

93. Ntumwa y'Imana! Uraheza rero uvuge uti: "Ishimagizwa, ni iry'Imana Allah, Yo Izoheza Ikabereka Aayah n'ivyemezo vyayo muri mwebwe nyene no mw'ijuru no mw'isi, muheze mubitahure ukuri kwamye, bitume mutandukanya ukuri n'ikinyoma"; kandi burya Imana yawe Rurema Allah, ntiyirengagiza ivyo mukora, Izobibahembera.

وَقُلِ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ سَيُرِيكُمْ ءَايَٰتِهِۦ فَتَعْرِفُونَهَا ۚ وَمَا رَبُّكَ بِغَٰفِلٍ عَمَّا تَعْمَلُونَ ﴿٩٣﴾

28. Al-Qaswasw (Amateka y'Intumwa)
Aayah 88, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Twaa Siin Miim[1].

طسٓمٓ ﴿١﴾

2. Ntumwa y'Imana! Izi, ni Aayah z'Igitabu Qor'ani Nakumanuriye, gitomoye neza mu nsiguro, mu ngingo z'ibirekuwe n'ibizira no mu burongozi bwaco.

تِلْكَ ءَايَٰتُ ٱلْكِتَٰبِ ٱلْمُبِينِ ﴿٢﴾

3. Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah, Tukwiganira vy'ukuri ku nkuru y'ivyashikiye Musa na Firawuni, ku neza y'abantu bemera iyi Qor'ani, bakanayigendera.

نَتْلُوا۟ عَلَيْكَ مِن نَّبَإِ مُوسَىٰ وَفِرْعَوْنَ بِٱلْحَقِّ لِقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ ﴿٣﴾

4. Mu vy'ukuri, Firawuni yaranzwe n'amanyama n'ubwononyi kw'isi, araheza afata abantu abacamwo imigwi, acinyiza umugwi wa Bene Israyeli, awucura bufuni na buhoro, yica abana babo b'ababungu bose bavutse, asigaza abana b'abakobwa mu kubagira abashumba. Mu vy'ukuri, Firawuni yari mu bagenzwa n'ubwononyi kw'isi.

إِنَّ فِرْعَوْنَ عَلَا فِى ٱلْأَرْضِ وَجَعَلَ أَهْلَهَا شِيَعًا يَسْتَضْعِفُ طَآئِفَةً مِّنْهُمْ يُذَبِّحُ أَبْنَآءَهُمْ وَيَسْتَحْىِۦ نِسَآءَهُمْ ۚ إِنَّهُۥ كَانَ مِنَ ٱلْمُفْسِدِينَ ﴿٤﴾

5. Twebwe Allah, Dushaka rero gutera iteka abacinyijwe bagacurwa bufuni na buhoro kw'isi, maze Tubagire indongozi zirarikira abandi ugukora ivyiza, Tunabahe gutorana isi mu nyuma y'ihonywa rya Firawuni n'abantu biwe;

وَنُرِيدُ أَن نَّمُنَّ عَلَى ٱلَّذِينَ ٱسْتُضْعِفُوا۟ فِى ٱلْأَرْضِ وَنَجْعَلَهُمْ أَئِمَّةً وَنَجْعَلَهُمُ ٱلْوَٰرِثِينَ ﴿٥﴾

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

6. Duheze Tubatsimbataze kw'isi, maze Twereke Firawuni na Haamaani n'ingabo zabo, ko ivyo bicura ko ubwami bwabo bwosenyuka hamwe boreka Musa agakura, bishoboka.

وَنُمَكِّنَ لَهُمْ فِي ٱلْأَرْضِ وَنُرِيَ فِرْعَوْنَ وَهَٰمَٰنَ وَجُنُودَهُمَا مِنْهُم مَّا كَانُوا۟ يَحْذَرُونَ ٦

7. Nyina wa Musa rero amaze kwibaruka agatinya ko Musa yokwicwa na Firawuni, Twaramuhumurije, Duti: "Mwonse utekanye! Niwatinya ko yohava yicwa, uramufata umushire mw'isandugu, maze uyikororere mu ruzi rwa Nili; ntuzogire impungenge namba ko Firawuni n'abantu biwe bohava bamwica, uragumiza n'umutima mu nda, ntuzokwicwe n'intuntu yo kutamubona hafi yawe; mu vy'ukuri Twebwe Allah, Tuzomukugarukanira Duheze Tunamugire n'Intumwa".

وَأَوْحَيْنَآ إِلَىٰٓ أُمِّ مُوسَىٰٓ أَنْ أَرْضِعِيهِ ۖ فَإِذَا خِفْتِ عَلَيْهِ فَأَلْقِيهِ فِي ٱلْيَمِّ وَلَا تَخَافِي وَلَا تَحْزَنِىٓ ۖ إِنَّا رَآدُّوهُ إِلَيْكِ وَجَاعِلُوهُ مِنَ ٱلْمُرْسَلِينَ ٧

8. Nyina wa Musa ni ho yashira Musa mw'isandugu, araheza ayikororera mu ruzi rwa Nili. Ni ho rero abantu ba Firawuni bayitora, gutyo ivyagezwe n'Imana Allah bija mu ngiro, ko Musa azobabera umwansi, akababera n'imvo yo kwicwa n'intuntu igihe basomeshejwe nturi, bagahona. Mu vy'ukuri Firawuni na Haamaani hamwe n'ingabo zabo, bari abanyavyaha b'ababangikanyamana.

فَٱلْتَقَطَهُۥٓ ءَالُ فِرْعَوْنَ لِيَكُونَ لَهُمْ عَدُوًّا وَحَزَنًا ۗ إِنَّ فِرْعَوْنَ وَهَٰمَٰنَ وَجُنُودَهُمَا كَانُوا۟ خَٰطِـِٔينَ ٨

9. Umugore wa Firawuni aho aboneye Musa, yabwiye Firawuni n'ikigumbagumba n'akantu ati: "Ehe yemwe ikibondo kiri hano! Iki kibondo kizotubera twempi imvo y'akanyamuneza! Ndakwinginze ntuhirahire ngo ucice, hari aho cogira ico kitumariye canke tukacirerera nk'umwana wacu!". Ivyo vyose rero, babigira batazi ko Musa azoba imvo y'ihonywa ryabo.

وَقَالَتِ ٱمْرَأَتُ فِرْعَوْنَ قُرَّتُ عَيْنٍ لِّى وَلَكَ ۖ لَا تَقْتُلُوهُ عَسَىٰٓ أَن يَنفَعَنَآ أَوْ نَتَّخِذَهُۥ وَلَدًا وَهُمْ لَا يَشْعُرُونَ ٩

10. Nyina wa Musa yasigaye atuntuye ku mutima, ku buryo ata n'ikindi kintu camuraza ishinga, kiretse ukubona umwana wiwe Musa. Yarahatswe no kwatura ko ari we nyina wa Musa, iyo Tutamugumiriza umutima kugira abe mu bemeramana koko bizera isezerano ry'Imana Allah.

وَأَصْبَحَ فُؤَادُ أُمِّ مُوسَىٰ فَٰرِغًا ۖ إِن كَادَتْ لَتُبْدِى بِهِۦ لَوْلَآ أَن رَّبَطْنَا عَلَىٰ قَلْبِهَا لِتَكُونَ مِنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ١٠

11. Nyina wa Musa amaze gukororera mu ruzi nya sandugu yashizemwo Musa, ni ho yabwira mushiki wa Musa ati: "Mwananje! Kurikirana iyi sandugu, maze urabe iherezo ryayo". Nya mukobwa yarayikurikiranye gushika n'aho ayibona ihagaze ku nkengera z'uruzi rwa Nili; muri ico gihe, ingabo za Firawuni ntizanamenye ko ari mushiki wa Musa ariko arayikurikirana kuko yayirabira kure nk'uwutahari.

وَقَالَتْ لِأُخْتِهِۦ قُصِّيهِ ۖ فَبَصُرَتْ بِهِۦ عَن جُنُبٍ وَهُمْ لَا يَشْعُرُونَ ١١

12. Twebwe Allah, Twaraziririje ko Musa yonka ibere ry'uwo ari we wese mu bakenyezi, imbere yuko Tumusubiza kwa nyina. Ni ho rero mushikiwe yabwira abari ng'aho ati: "Mbega mwonkundira nkabarangira

۞وَحَرَّمْنَا عَلَيْهِ ٱلْمَرَاضِعَ مِن قَبْلُ فَقَالَتْ هَلْ أَدُلُّكُمْ عَلَىٰٓ أَهْلِ بَيْتٍ يَكْفُلُونَهُۥ لَكُمْ وَهُمْ لَهُۥ نَٰصِحُونَ ١٢

umuryango womwitaho ukamurera ukanamwonsa, ukanamuha impanuro za kivyeyi?". Ba bantu bari ng'aho na bo baraheza baramwemerera ko yobarangira nya muryango.

فَرَدَدْنَٰهُ إِلَىٰٓ أُمِّهِۦ كَىْ تَقَرَّ عَيْنُهَا وَلَا تَحْزَنَ وَلِتَعْلَمَ أَنَّ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقٌّ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿١٣﴾

13. Ni ho rero Twebwe Allah, Twasubiza Musa kwa nyina kugira agumize umutima mu nda, maze ntiyicwe n'intuntu yo kutamubona hafi yiwe, no kugira amenye ko isezerano yahawe n'Imana Allah, ari iry'ukuri. Imana Allah burya ntirenga kw'isezerano, ariko abenshi mu babangikanyamana nta vyo bazi.

وَلَمَّا بَلَغَ أَشُدَّهُۥ وَٱسْتَوَىٰٓ ءَاتَيْنَٰهُ حُكْمًا وَعِلْمًا ۚ وَكَذَٰلِكَ نَجْزِى ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿١٤﴾

14. Musa rero amaze kugera mu bigero akaba umugabo abushitse, Twaramuhaye gutomora ingingo, Tumwigisha n'ubumenyi. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twahemvye Musa ku bugwaneza bwiwe - Duhemba abagwaneza.

وَدَخَلَ ٱلْمَدِينَةَ عَلَىٰ حِينِ غَفْلَةٍ مِّنْ أَهْلِهَا فَوَجَدَ فِيهَا رَجُلَيْنِ يَقْتَتِلَانِ هَٰذَا مِن شِيعَتِهِۦ وَهَٰذَا مِنْ عَدُوِّهِۦ ۖ فَٱسْتَغَٰثَهُ ٱلَّذِى مِن شِيعَتِهِۦ عَلَى ٱلَّذِى مِنْ عَدُوِّهِۦ فَوَكَزَهُۥ مُوسَىٰ فَقَضَىٰ عَلَيْهِ ۖ قَالَ هَٰذَا مِنْ عَمَلِ ٱلشَّيْطَٰنِ ۖ إِنَّهُۥ عَدُوٌّ مُّضِلٌّ مُّبِينٌ ﴿١٥﴾

15. Musa yarinjiye mu gisagara ca Misiri yinyegeje mu gihe abantu b'aho bari basamaye, ahasanga abagabo babiri bariko bararwana; umwe muri bo yakomoka mu bantu biwe, Abene Israyeli, uwundi na we yakomoka mu bantu ba Firawuni, Abanyagiputa. Maze uwukomoka mu bantu biwe aramwiyambaza ngo amutabare, Musa araheza akubita igipfunsi wa Munyagiputa, aca ararambarara. Musa aca avuga yinegura ati: "Iki gikorwa giturutse ku nyoshambi za shetani zatumye ntwarwa n'agashavu nkamukubita agaca apfa. Mu vy'ukuri shetani, ni umwansi agaragara wa mwene Adamu, ihubisha inzira igororotse[1]".

قَالَ رَبِّ إِنِّى ظَلَمْتُ نَفْسِى فَٱغْفِرْ لِى فَغَفَرَ لَهُۥٓ ۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلْغَفُورُ ٱلرَّحِيمُ ﴿١٦﴾

16. Musa yaciye avuga yigaya ati: "Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri, nirenganije ku kwica umuntu ku karenganyo, ndagusavye rero ko Wongumiriza akabanga Ukambabarira iki caha". Ni ho Imana Allah Yaca Imubabarira nya caha. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

قَالَ رَبِّ بِمَآ أَنْعَمْتَ عَلَىَّ فَلَنْ أَكُونَ ظَهِيرًا لِّلْمُجْرِمِينَ ﴿١٧﴾

17. Musa yavuze ati: "Mana yanje Rurema Allah! Kubera inema nyinshi Wampaye harimwo n'inema yo kunyumvira ku kwigaya kwanje, sindota nifadikanya n'umwe mu banyavyaha mu guca kubiri n'amabwirizwa yawe".

فَأَصْبَحَ فِى ٱلْمَدِينَةِ خَآئِفًا يَتَرَقَّبُ فَإِذَا ٱلَّذِى ٱسْتَنصَرَهُۥ بِٱلْأَمْسِ يَسْتَصْرِخُهُۥ ۚ قَالَ لَهُۥ مُوسَىٰٓ إِنَّكَ لَغَوِىٌّ مُّبِينٌ ﴿١٨﴾

18. Ni ho rero Musa yaguma mu gisagara ca Misiri afise ubwoba, agendereza kugira yumve inkuru z'ibivugwa ku rupfu rw'Umunyagiputa yaraye yishwe. Yahavuye arenguka kuri wa muntu yamwiyambaza ubuheze, ariko ararwana n'uwundi Munyagiputa, amuhamagara ngo

[1] Ikubitwa ry'uyu Munyagiputa ryabaye imbere yuko Musa arungikwa kuba Intumwa.

amutabare kandi. Musa n'ishavu n'akantu aca amubwira ati: "Mu vy'ukuri, ni ukuri wewe uri umusomborotsi n'inkwezi y'amabi yeruye";

فَلَمَّآ أَنْ أَرَادَ أَن يَبْطِشَ بِٱلَّذِى هُوَ عَدُوٌّ لَّهُمَا قَالَ يَٰمُوسَىٰٓ أَتُرِيدُ أَن تَقْتُلَنِى كَمَا قَتَلْتَ نَفْسًۢا بِٱلْأَمْسِ ۖ إِن تُرِيدُ إِلَّآ أَن تَكُونَ جَبَّارًا فِى ٱلْأَرْضِ وَمَا تُرِيدُ أَن تَكُونَ مِنَ ٱلْمُصْلِحِينَ ﴿١٩﴾

19. Musa agize ngo abanguye igipfunsi akubite wa Munyagiputa, wa muntu n'ubwoba n'akantu aca avuga ati: "Ewe Musa! Aho nyene ushaka kunyica nk'uko wishe umuntu ejo! Ntushaka kuba kiretse intagondwa kw'isi, kanatsinda ntunashaka kuba mu bantu banywanisha, bagatunganiriza abandi".

وَجَآءَ رَجُلٌ مِّنْ أَقْصَا ٱلْمَدِينَةِ يَسْعَىٰ قَالَ يَٰمُوسَىٰٓ إِنَّ ٱلْمَلَأَ يَأْتَمِرُونَ بِكَ لِيَقْتُلُوكَ فَٱخْرُجْ إِنِّى لَكَ مِنَ ٱلنَّٰصِحِينَ ﴿٢٠﴾

20. Ni ho rero haza umuntu aje atazambaye, avuye hirya y'igisagara ca Misiri, araheza aburira Musa ati: "Ewe Musa! Uzi n'inkuru, burya abunganizi ba Firawuni bari mu nama rukokoma bajenama ukuntu bokwica; enda nyabuna rero, va muri iki gisagara uhunge, mu vy'ukuri jewe ndi mu bagufitiye impuhwe, uri uwo mpanura wohunga hakiri kare".

فَخَرَجَ مِنْهَا خَآئِفًا يَتَرَقَّبُ ۖ قَالَ رَبِّ نَجِّنِى مِنَ ٱلْقَوْمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٢١﴾

21. Musa aca ava muri nya gisagara atekewe n'ubwoba, arahunga agenda yeraguza irya n'ino, atinya gufatwa, araheza asaba Imana Allah avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye Unkure mu minwe y'abantu birenganije".

وَلَمَّا تَوَجَّهَ تِلْقَآءَ مَدْيَنَ قَالَ عَسَىٰ رَبِّىٓ أَن يَهْدِيَنِى سَوَآءَ ٱلسَّبِيلِ ﴿٢٢﴾

22. Musa amaze gucika ingabo za Firawuni agana amaja muri Madiyana, yavuze ati: "Kumbure hari n'aho Imana yanje Rurema Allah Yondongora mu nzira inshikana muri Madiyana".

وَلَمَّا وَرَدَ مَآءَ مَدْيَنَ وَجَدَ عَلَيْهِ أُمَّةً مِّنَ ٱلنَّاسِ يَسْقُونَ وَوَجَدَ مِن دُونِهِمُ ٱمْرَأَتَيْنِ تَذُودَانِ ۖ قَالَ مَا خَطْبُكُمَا ۖ قَالَتَا لَا نَسْقِى حَتَّىٰ يُصْدِرَ ٱلرِّعَآءُ ۖ وَأَبُونَا شَيْخٌ كَبِيرٌ ﴿٢٣﴾

23. Musa amaze rero gushika ahari amazi ya Madiyana; yahasanze umugwi w'abantu bariko baranywesha ibitungwa vyabo, hepfo yabo ahasanga abigeme babiri bikumiriye ukwabo, ibitungwa vyabo bitariko biranywa, bajumarariwe. Ni ho Musa yumvira impuhwe nya bigeme, maze arababaza ati: "Ko muri ng'aho, ni impore?". Ba bigeme barishura bati: "Ntidushoboye gusitana n'abagabo, ngo tunyweshe ibitungwa vyacu batabanje guheza kunywesha ibitungwa vyabo, kandi n'umuvyeyi wacu arashaje cane ntashoboye kwiyizira kunywesha ibitungwa".

فَسَقَىٰ لَهُمَا ثُمَّ تَوَلَّىٰٓ إِلَى ٱلظِّلِّ فَقَالَ رَبِّ إِنِّى لِمَآ أَنزَلْتَ إِلَىَّ مِنْ خَيْرٍ فَقِيرٌ ﴿٢٤﴾

24. Ni ho Musa yanyweshereza ba bigeme babiri ibitungwa vyabo, hanyuma n'inzara n'akantu aca aja kwugama izuba mu gatutu k'igiti cari ng'aho, aca avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri ndishwe n'inzara, ndakeneye ko Undonsa ico ari co cose comfata mu nda".

25. Umwe muri ba bigeme Musa yanyweshereza ibitungwa vyabo, yahavuye aza n'isoni nyinshi, araheza abwira Musa ati: "Mu vy'ukuri, dawe araguhamagaye kugira aguhe impembo yo kutunyweshereza ibitungwa". Musa araheza ajana na nya mwigeme kwa se, amaze kuhagera akamwiganira ivyamushikiye kwa Firawuni n'ingabo ziwe, se wa nya mwigeme yaramutururuje ati: "Subiza umutima mu nda, ntutinye namba, warokotse abantu birenganije kuko aha ni mu kindi gihugu kidatwarwa na bo".

فَجَآءَتْهُ إِحْدَىٰهُمَا تَمْشِى عَلَى ٱسْتِحْيَآءٍ قَالَتْ إِنَّ أَبِى يَدْعُوكَ لِيَجْزِيَكَ أَجْرَ مَا سَقَيْتَ لَنَا ۚ فَلَمَّا جَآءَهُۥ وَقَصَّ عَلَيْهِ ٱلْقَصَصَ قَالَ لَا تَخَفْ ۖ نَجَوْتَ مِنَ ٱلْقَوْمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٢٥﴾

26. Umwe muri ba bigeme yabwiye se ati: "Da! Muhe akazi akuragirire intungwa. Mu vy'ukuri, umwiza w'abo woha akazi ko kukuragirira, ni uwoba afise inguvu zo gucungera neza ibitungwa, akaba n'umwizigirwa atoguhemukira".

قَالَتْ إِحْدَىٰهُمَا يَٰٓأَبَتِ ٱسْتَـْٔجِرْهُ ۖ إِنَّ خَيْرَ مَنِ ٱسْتَـْٔجَرْتَ ٱلْقَوِىُّ ٱلْأَمِينُ ﴿٢٦﴾

27. Se wa ba bigeme yabwiye Musa ati: "Uzi n'inkuru, jewe ngomba kugushingira umwe muri aba bakobwa banje babiri, inkwano ziwe zikaba ari uko wonkorera ukandagirira ibitungwa mu kiringo c'imyaka umunani; mu gihe worenzako ugakwiza ikiringo c'imyaka cumi, ivyo vyokuvako, vyoba ari no ku bugwaneza bwawe kuko sindi ng'aho kugira ndakuremereze ngo ukwize imyaka cumi. Imana Allah niyabishaka rero, uzosanga ndi mu beranda bubahiriza ivyo basezeranye".

قَالَ إِنِّىٓ أُرِيدُ أَنْ أُنكِحَكَ إِحْدَى ٱبْنَتَىَّ هَٰتَيْنِ عَلَىٰٓ أَن تَأْجُرَنِى ثَمَٰنِىَ حِجَجٍ ۖ فَإِنْ أَتْمَمْتَ عَشْرًا فَمِنْ عِندِكَ ۖ وَمَآ أُرِيدُ أَنْ أَشُقَّ عَلَيْكَ ۚ سَتَجِدُنِىٓ إِن شَآءَ ٱللَّهُ مِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿٢٧﴾

28. Musa asubizayo ati: "Ivyo uvuze, ni isezerano riri hagati yanje na we. Ikiringo cose nzoshobora kumara ndagukorera muri ivyo biringo bibiri, nta kabi kuri jewe, nzoba nubahirije isezerano. Burya Imana Allah ku vyo tuvuga, ni Yo Muhagarikizi Izi ivyo dusezeraniye ng'aha".

قَالَ ذَٰلِكَ بَيْنِى وَبَيْنَكَ ۖ أَيَّمَا ٱلْأَجَلَيْنِ قَضَيْتُ فَلَا عُدْوَٰنَ عَلَىَّ ۖ وَٱللَّهُ عَلَىٰ مَا نَقُولُ وَكِيلٌ ﴿٢٨﴾

29. Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) amaze gukwiza ikiringo c'imyaka cumi, agafata urugendo agaruka muri Misiri ari kumwe n'umuryango wiwe, yabonye umucanwa waka mw'ijoro hambavu y'umusozi Twuuri Sinayi, aca abwira umuryango wiwe ati: "Nimundindire gato, ni ukuri jewe nabonye umucanwa, hari n'aho nobazanira inkuru ituzimurura, canke nkabazanira igishirira kugira mwote".

۞ فَلَمَّا قَضَىٰ مُوسَى ٱلْأَجَلَ وَسَارَ بِأَهْلِهِۦٓ ءَانَسَ مِن جَانِبِ ٱلطُّورِ نَارًا ۖ قَالَ لِأَهْلِهِ ٱمْكُثُوٓا۟ إِنِّىٓ ءَانَسْتُ نَارًا لَّعَلِّىٓ ءَاتِيكُم مِّنْهَا بِخَبَرٍ أَوْ جَذْوَةٍ مِّنَ ٱلنَّارِ لَعَلَّكُمْ تَصْطَلُونَ ﴿٢٩﴾

30. Musa amaze gushika hamwe yabona umucanwa, yumvise ijwi rizananye mu kabande kari iburyo bw'aho yari ari mu kibanza gihezagiye musi y'igiti, rimuhamagara riti: "Ewe Musa! Mu vy'ukuri, ni Jewe Allah, Imana Rurema w'ibiremwa vyose;

فَلَمَّآ أَتَىٰهَا نُودِىَ مِن شَٰطِئِ ٱلْوَادِ ٱلْأَيْمَنِ فِى ٱلْبُقْعَةِ ٱلْمُبَٰرَكَةِ مِنَ ٱلشَّجَرَةِ أَن يَٰمُوسَىٰٓ إِنِّىٓ أَنَا ٱللَّهُ رَبُّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٣٠﴾

31. Terera rero inkoni yawe hasi". Musa amaze kuyiterera hasi, yaciye ihinduka inzoka yigendera. Musa abonye ya nkoni igenda iranyiganyiga nk'inzoka, yasubiye inyuma amaguru adakora hasi ahunga ata gukebuka kubera

وَأَنْ أَلْقِ عَصَاكَ ۖ فَلَمَّا رَءَاهَا تَهْتَزُّ كَأَنَّهَا جَآنٌّ وَلَّىٰ مُدْبِرًا وَلَمْ يُعَقِّبْ ۚ يَٰمُوسَىٰٓ أَقْبِلْ

ubwoba. Imana Allah Ica Iramutururuza Iti: “Ewe Musa! Garuka ng’aha kandi ntutinye namba, mu vy’ukuri wewe uri mu batekanishijwe, nta kabi kogushikira;

وَلَا تَخَفۡۖ إِنَّكَ مِنَ ٱلۡأٓمِنِينَ ٣١

32. Shira ikiganza cawe mu kwaha ugicishije mw’idebure[1] ry’impuzu, kivayo cererana gisayangana bidaturutse ku ndwara y’ubukarabe, uheze ushire n’ukuboko kwawe ku gikiriza uheze utekane. Ivyo rero, ni ibitangaro bibiri uhawe n’Imana yawe Rurema Allah kugira uje kwa Firawuni n’abunganizi biwe”. Mu vy’ukuri Firawuni n’abunganizi biwe, bari abantu b’ibigaba birenga ku mabwirizwa y’Imana Allah.

ٱسۡلُكۡ يَدَكَ فِي جَيۡبِكَ تَخۡرُجۡ بَيۡضَآءَ مِنۡ غَيۡرِ سُوٓءٖ وَٱضۡمُمۡ إِلَيۡكَ جَنَاحَكَ مِنَ ٱلرَّهۡبِۖ فَذَٰنِكَ بُرۡهَٰنَانِ مِن رَّبِّكَ إِلَىٰ فِرۡعَوۡنَ وَمَلَإِيْهِۦٓۚ إِنَّهُمۡ كَانُواْ قَوۡمٗا فَٰسِقِينَ ٣٢

33. Musa kubera ubwoba, yaciye avuga ati: “Mana yanje Rurema Allah! Mu vy’ukuri jewe, narishe umuntu mu Banyagiputa, nkaba ntinya ko bonyica mu gihe nosubirayo;

قَالَ رَبِّ إِنِّي قَتَلۡتُ مِنۡهُمۡ نَفۡسٗا فَأَخَافُ أَن يَقۡتُلُونِ ٣٣

34. Kandi burya murumunanje Haruna aravuga agatomora kundusha, ndagusavye rero Umundungikane kugira ambere umufasha, anyunganire mu gushikiriza ubutumwa; mu vy’ukuri, ndafise impungenge ko bohakana bivuye inyuma ko ndi Intumwa yarungitswe kuri bo”.

وَأَخِي هَٰرُونُ هُوَ أَفۡصَحُ مِنِّي لِسَانٗا فَأَرۡسِلۡهُ مَعِيَ رِدۡءٗا يُصَدِّقُنِيٓۖ إِنِّيٓ أَخَافُ أَن يُكَذِّبُونِ ٣٤

35. Imana Allah Yabwiye Musa Iti: “Tuzogutera intege mu kukurungikana na murumunawe, Duheze Tubahe mwempi ububasha n’ivyemezo bituma Firawuni n’abantu biwe badashobora kubagirira nabi. Mwempi rero hamwe n’abazobakurikira bakabemera, ni mwebwe mutegerezwa gutsinda”.

قَالَ سَنَشُدُّ عَضُدَكَ بِأَخِيكَ وَنَجۡعَلُ لَكُمَا سُلۡطَٰنٗا فَلَا يَصِلُونَ إِلَيۡكُمَا بِـَٔايَٰتِنَآۚ أَنتُمَا وَمَنِ ٱتَّبَعَكُمَا ٱلۡغَٰلِبُونَ ٣٥

36. Igihe rero Musa aziye kwa Firawuni n’abantu biwe, yibangikanije n’ivyemezo vyacu Twebwe Allah vyerekana ko ari Intumwa vy’ukuri, bamubwiye bati: “Nta kuri watuzaniye kiretse ko ari ubukonikoni bw’irementanya; nta n’aho twigeze twumva ivyo uturarikira mu bavyeyi bacu bo hambere”.

فَلَمَّا جَآءَهُم مُّوسَىٰ بِـَٔايَٰتِنَا بَيِّنَٰتٖ قَالُواْ مَا هَٰذَآ إِلَّا سِحۡرٞ مُّفۡتَرٗى وَمَا سَمِعۡنَا بِهَٰذَا فِيٓ ءَابَآئِنَا ٱلۡأَوَّلِينَ ٣٦

37. Musa araheza yishura Firawuni ati: “Imana yanje Rurema Allah, ni Yo Izi neza na neza uwaje azanye uburongozi buvuye kuri Yo, Ikanamenya n’uwufise iherezo ryiza mu buzima bw’inyuma yo gupfa; kukaba nkako, abirenganije ntibazokwigera bashika ku ntsinzi y’ivyo bipfuza kw’isi eka no mu buzima bw’inyuma yo gupfa”.

وَقَالَ مُوسَىٰ رَبِّيٓ أَعۡلَمُ بِمَن جَآءَ بِٱلۡهُدَىٰ مِنۡ عِندِهِۦ وَمَن تَكُونُ لَهُۥ عَٰقِبَةُ ٱلدَّارِۚ إِنَّهُۥ لَا يُفۡلِحُ ٱلظَّٰلِمُونَ ٣٧

38. Firawuni araheza abwira abunganizi biwe ati: “Emwe bunganizi banje! Sinigeze menya ko mufise iyindi mana mukwiye gusenga atari jewe. Haamaani! Ngirira ifuru yo kwokerezamwo amatafari, uheze unyubakire inyubakwa ndende cane y'umunara w’akataraboneka, ndabe ko hari

وَقَالَ فِرۡعَوۡنُ يَٰٓأَيُّهَا ٱلۡمَلَأُ مَا عَلِمۡتُ لَكُم مِّنۡ إِلَٰهٍ غَيۡرِي فَأَوۡقِدۡ لِي يَٰهَٰمَٰنُ عَلَى ٱلطِّينِ فَٱجۡعَل لِّي صَرۡحٗا لَّعَلِّيٓ أَطَّلِعُ إِلَىٰٓ إِلَٰهِ مُوسَىٰ وَإِنِّي لَأَظُنُّهُۥ مِنَ

[1] Ni izosi ry’impuzu.

n’aho noduga mw’ijuru nkabona Imana ya Musa aturarikira gusenga; kandi ni ukuri, nibwira ko Musa yoba ari mu babeshi”.

ٱلْكَٰذِبِينَ ﴿٣٨﴾

39. Firawuni hamwe n’ingabo ziwe baragize amanyama mu kugarariza Musa ata n’ukuri bisunze mu gihugu ca Misiri, baraheza bibaza ko nibapfa batazozuka bakagaruka iwacu Twebwe Allah.

وَٱسْتَكْبَرَ هُوَ وَجُنُودُهُۥ فِى ٱلْأَرْضِ بِغَيْرِ ٱلْحَقِّ وَظَنُّوٓاْ أَنَّهُمْ إِلَيْنَا لَا يُرْجَعُونَ ﴿٣٩﴾

40. Ni ho rero Twafata Firawuni hamwe n’ingabo ziwe, Tubaterera mw’ibahari basomera rimwe nturi. Ntumwa y’Imana! Ehe raba rero ukuntu iherezo ry’abirenganya mu kugarariza ryagenze!

فَأَخَذْنَٰهُ وَجُنُودَهُۥ فَنَبَذْنَٰهُمْ فِى ٱلْيَمِّ ۖ فَٱنظُرْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٤٠﴾

41. Firawuni hamwe n’ingabo ziwe, Twabagize indongozi zirarikira abantu kw’isi kuja mu muriro, no ku musi w’izuka rero ntibazoronka uwubatabara ngo abakure mu bihano.

وَجَعَلْنَٰهُمْ أَئِمَّةً يَدْعُونَ إِلَى ٱلنَّارِ ۖ وَيَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ لَا يُنصَرُونَ ﴿٤١﴾

42. Firawuni hamwe n’ingabo ziwe bamaze gusomeshwa nturi, Twabakurikije ivumwe kw’isi, no ku musi w’izuka bazoba bari mu bantu baranzwe n’ibikorwa bibi cane, badakwiye kugirirwa impuhwe namba.

وَأَتْبَعْنَٰهُمْ فِى هَٰذِهِ ٱلدُّنْيَا لَعْنَةً ۖ وَيَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ هُم مِّنَ ٱلْمَقْبُوحِينَ ﴿٤٢﴾

43. Ni ukuri Musa, Twaramuhaye Igitabu ca Tawurati mu nyuma y’aho Duhonereje imigwi y’abantu bo hambere yiwe, Igitabu kirimwo inyigisho zituma Bene Israyeli bamenya gutandukanya iciza n’ikibi; harimwo n’ubugororotsi n’impuhwe kugira bibuke inema z’Imana Allah, baheze bayishimire mu kutayigarariza.

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَا مُوسَى ٱلْكِتَٰبَ مِنۢ بَعْدِ مَآ أَهْلَكْنَا ٱلْقُرُونَ ٱلْأُولَىٰ بَصَآئِرَ لِلنَّاسِ وَهُدًى وَرَحْمَةً لَّعَلَّهُمْ يَتَذَكَّرُونَ ﴿٤٣﴾

44. Ntumwa y’Imana! Ntiwari hambavu y’umusozi uri mu burengero bw’aho Musa yari ari, igihe Tumuha amabwirizwa Tukamutuma kwa Firawuni n’abantu biwe; ntiwari no mu babonye ingene vyagenze ngo ubimenye, uheze uvyiganire abantu.

وَمَا كُنتَ بِجَانِبِ ٱلْغَرْبِىِّ إِذْ قَضَيْنَآ إِلَىٰ مُوسَى ٱلْأَمْرَ وَمَا كُنتَ مِنَ ٱلشَّٰهِدِينَ ﴿٤٤﴾

45. Ariko rero mu nyuma ya Musa, Twahavuye Tugira imigwi itandukanye y’abantu, nya migwi iraheza ibaho ikiringo kirekire hagati ya Musa n’irungikwa ryawe, gutyo nya migwi yibagira isezerano ry’Imana Allah, iranadohoka ku mabwirizwa yayo. Ntumwa y’Imana! Ntiwigeze uba no mu bantu ba Madiyana, ngo uheze usomere abantu warungitsweko Aayah zacu za Qor’ani n’inkuru y’ivyashikiye Musa na Firawuni mu vyo wahumviye, ariko rero iyo nkuru y’ivyashikiye Musa na Firawuni ubiganira, iri mu vyo wahishuriwe n’Imana Allah.

وَلَٰكِنَّآ أَنشَأْنَا قُرُونًا فَتَطَاوَلَ عَلَيْهِمُ ٱلْعُمُرُ ۚ وَمَا كُنتَ ثَاوِيًا فِىٓ أَهْلِ مَدْيَنَ تَتْلُواْ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتِنَا وَلَٰكِنَّا كُنَّا مُرْسِلِينَ ﴿٤٥﴾

46. Eka ntiwari no hambavu y’umusozi wa Twuuri Sinayi igihe Twahamagara Musa Tukavugana ukuri kwamye, ariko Twakurungitse kugira ubere ibiremwa impuhwe zivuye ku Mana yawe Rurema Allah, uheze ugabishe ku

وَمَا كُنتَ بِجَانِبِ ٱلطُّورِ إِذْ نَادَيْنَا وَلَٰكِن رَّحْمَةً مِّن رَّبِّكَ لِتُنذِرَ قَوْمًا مَّآ أَتَىٰهُم مِّن نَّذِيرٍ مِّن قَبْلِكَ لَعَلَّهُمْ يَتَذَكَّرُونَ ﴿٤٦﴾

bihano vyacu abantu batigeze bashikirwa n'umugabisha hambere yawe, kugira bibuke baheze bikebuke.

وَلَوْلَآ أَن تُصِيبَهُم مُّصِيبَةٌۢ بِمَا قَدَّمَتْ أَيْدِيهِمْ فَيَقُولُواْ رَبَّنَا لَوْلَآ أَرْسَلْتَ إِلَيْنَا رَسُولًا فَنَتَّبِعَ ءَايَٰتِكَ وَنَكُونَ مِنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٤٧﴾

47. Ntumwa y'Imana! Iyo rero hataba ukwanka guhanira abagarariji ivyaha vyabo batarashikirwa n'Intumwa, bakavuga bigovyora bati: "Mana yacu Rurema Allah! Ubwo ntiwari gupfuma ubanza kuturungikira Intumwa, maze tugakurikira Aayah ziri mu Gitabu cawe Wamanuye, tugaheza tukaba no mu bemeramana!", ntitwari kukurungika.

فَلَمَّا جَآءَهُمُ ٱلْحَقُّ مِنْ عِندِنَا قَالُواْ لَوْلَآ أُوتِىَ مِثْلَ مَآ أُوتِىَ مُوسَىٰٓ أَوَلَمْ يَكْفُرُواْ بِمَآ أُوتِىَ مُوسَىٰ مِن قَبْلُ ۖ قَالُواْ سِحْرَانِ تَظَٰهَرَا وَقَالُوٓاْ إِنَّا بِكُلٍّ كَٰفِرُونَ ﴿٤٨﴾

48. Igihe rero Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) izaniye nya bagararji ukuri kuvuye iwacu Twebwe Allah, bavuze bati: "Ubwo ntiyari gupfuma ahabwa ibitangaro bifadika nk'ivyahawe Musa, akanamanurirwa Qor'ani iri hamwe nka Tawurati!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "None aho hambere yanje, abayahudi ntibagararije Musa kandi yahawe n'ibitangaro bifadika bivuye ku Mana Allah!". Baranavuze ko Tawurati na Qor'ani bihuriye ku kuba vyose ari uburozi bukomoka hamwe, baca bavuga bati: "Mu vy'ukuri rero twebwe, ivyo Bitabu uko ari bibiri n'Intumwa zabihawe, tubigararije vyose".

قُلْ فَأْتُواْ بِكِتَٰبٍ مِّنْ عِندِ ٱللَّهِ هُوَ أَهْدَىٰ مِنْهُمَآ أَتَّبِعْهُ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٤٩﴾

49. Ntumwa y'Imana! Bwira abagarariji uti: "Enda nyabuna rero, nimuzane igitabu kivuye ku Mana Allah, coba kirimwo uburongozi busumba uburi muri Tawurati no muri Qor'ani, mpeze nanje ndagikurikire nimwaba muri imvugakuri!";

فَإِن لَّمْ يَسْتَجِيبُواْ لَكَ فَٱعْلَمْ أَنَّمَا يَتَّبِعُونَ أَهْوَآءَهُمْ ۚ وَمَنْ أَضَلُّ مِمَّنِ ٱتَّبَعَ هَوَىٰهُ بِغَيْرِ هُدًى مِّنَ ٱللَّهِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٥٠﴾

50. Nibatashobora kuzana nya gitabu, bakabura n'ikindi cireguzo berekana, uzoce umenya rero ko bakurikira ivyipfuzo vyabo gusa. Nta muntu n'umwe yahuvye yoza asumba uwutwarwa n'ivyipfuzo vyiwe, atisunga uburongozi buvuye ku Mana Allah. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntirongora mu nzira yayo abantu birenganya mu guca kubiri n'amabwirizwa yayo.

۞وَلَقَدْ وَصَّلْنَا لَهُمُ ٱلْقَوْلَ لَعَلَّهُمْ يَتَذَكَّرُونَ ﴿٥١﴾

51. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, Twaratomoreye Qor'ani abantu warungitsweko kugira bibuke bikebuke, baheze bayizigame.

ٱلَّذِينَ ءَاتَيْنَٰهُمُ ٱلْكِتَٰبَ مِن قَبْلِهِۦ هُم بِهِۦ يُؤْمِنُونَ ﴿٥٢﴾

52. Abo Twahaye Igitabu imbere y'imanurwa rya Qor'ani mu bayahudi n'abanaswara batahindaguye ibiri muri nya Gitabu, baremera Qor'ani hamwe n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);

وَإِذَا يُتْلَىٰ عَلَيْهِمْ قَالُوٓاْ ءَامَنَّا بِهِۦٓ إِنَّهُ ٱلْحَقُّ مِن رَّبِّنَآ إِنَّا كُنَّا مِن قَبْلِهِۦ مُسْلِمِينَ ﴿٥٣﴾

53. N'iyo basomewe Qor'ani, baravyemanga bakavuga bati: "Twaremeye Qor'ani turanayigendera; burya Qor'ani, ni ukuri kuzima kuva ku Mana Allah, mu vy'ukuri n'imbere yuko Qor'ani imanurwa, twari abislamu bemera Imana Imwe Rudende Allah bakanayisenga".

54. Abo, ni bo rero bazohabwa indishi y'ivyo bakoze incuro zibiri; indishi y'ukwihangana bakemera Igitabu cabo, n'indishi y'ukwemera Qor'ani. Biri no mu bibaranga, kuba ikibi bakorewe bagisubiriza iciza; ntibagera ingere ku yindi, no mu vyo Twabaronkeje baratanga mu bikorwa vyiza;

أُوْلَٰٓئِكَ يُؤْتَوْنَ أَجْرَهُم مَّرَّتَيْنِ بِمَا صَبَرُواْ وَيَدْرَءُونَ بِٱلْحَسَنَةِ ٱلسَّيِّئَةَ وَمِمَّا رَزَقْنَٰهُمْ يُنفِقُونَ ﴿٥٤﴾

55. N'iyo bumvise amajambo y'imburakimazi barayirengagiza, ntibigera bayatega ugutwi, bagaheza bakavuga bati: "Turafise ibikorwa vyiza dukora tudahesha, na mwe nyene murafise ibikorwa vyanyu mukora muzohemberwa, nta mwanya rero dutakaza mu kubishura mu mpari, nta n'ico mutwumvako atari iciza no kubipfuriza amahoro, ntitunakunda ingeso mbi n'abantu b'inshirasoni[1]".

وَإِذَا سَمِعُواْ ٱللَّغْوَ أَعْرَضُواْ عَنْهُ وَقَالُواْ لَنَآ أَعْمَٰلُنَا وَلَكُمْ أَعْمَٰلُكُمْ سَلَٰمٌ عَلَيْكُمْ لَا نَبْتَغِى ٱلْجَٰهِلِينَ ﴿٥٥﴾

56. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri wewe, ntushobora kurongora uwo ukunda ngo umushoboze kwemera; ariko Imana Allah, Irongora uwo Ishatse Igaheza Ikamushoboza kwemera, ni na Yo Izi neza na neza abagororotsi bakwiye gutumbera inzira y'ukwemera.

إِنَّكَ لَا تَهْدِى مَنْ أَحْبَبْتَ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ يَهْدِى مَن يَشَآءُ ۚ وَهُوَ أَعْلَمُ بِٱلْمُهْتَدِينَ ﴿٥٦﴾

57. Abagarariji b'i Makka babwiye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bati: "Hamwe tworamuka dukurikiye ukuri watuzaniye tukavavanura n'ibangikanyamana, twokwicwa, tukagirwa imbohe, tukamburwa n'amatungo yacu!". Mbega Twebwe Allah, ntitwabatsimbataje mu gisagara ca Makka gitekanye, kuko Twaziririje ko giseserwamwo amaraso, Turaheza Tubaronsa muri nya gisagara ivyamwa vy'ubwoko bwose, bizanwa bivuye mu yandi makungu! Ariko rero abenshi mu babangikanyamana, ntibazi akamaro k'izo nema ngo baheze bazishimire Imana Allah mu kuyumvira.

وَقَالُوٓاْ إِن نَّتَّبِعِ ٱلْهُدَىٰ مَعَكَ نُتَخَطَّفْ مِنْ أَرْضِنَآ ۚ أَوَلَمْ نُمَكِّن لَّهُمْ حَرَمًا ءَامِنًا يُجْبَىٰٓ إِلَيْهِ ثَمَرَٰتُ كُلِّ شَىْءٍ رِّزْقًا مِّن لَّدُنَّا وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٥٧﴾

58. Hari n'abantu benshi Twahoneje mu ducimbiri, igihe bahendwa no kuroranirwa mu buzima bwabo, bituma bagira amanyama mu kugarariza Intumwa; ng'iyo n'imihana yabo, nta n'umwe yashoboye kuyibamwo inyuma y'ihonywa ryabo, ku kubera ububi bw'ivyaha bahakoreye, kiretse akanya gato uwurengana ahamara, ni na Twebwe Allah rero Twatoranye nya mihana.

وَكَمْ أَهْلَكْنَا مِن قَرْيَةٍۭ بَطِرَتْ مَعِيشَتَهَا ۖ فَتِلْكَ مَسَٰكِنُهُمْ لَمْ تُسْكَن مِّنۢ بَعْدِهِمْ إِلَّا قَلِيلًا ۖ وَكُنَّا نَحْنُ ٱلْوَٰرِثِينَ ﴿٥٨﴾

59. Ntumwa y'Imana! Ntivyari gushika ko Imana yawe Rurema Allah, Ihonya uducimbiri dukikuje igisagara ca Makka, Itabanje kurungika muri ico gisagara Intumwa ibasomera Aayah zacu Twebwe Allah, kanatsinda ntitwigeze Duhonya uducimbiri, kiretse ko abatubamwo

وَمَا كَانَ رَبُّكَ مُهْلِكَ ٱلْقُرَىٰ حَتَّىٰ يَبْعَثَ فِىٓ أُمِّهَا رَسُولًا يَتْلُواْ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتِنَا ۚ وَمَا كُنَّا مُهْلِكِى ٱلْقُرَىٰٓ إِلَّا وَأَهْلُهَا ظَٰلِمُونَ ﴿٥٩﴾

[1] Inyishu nk'izi, ni zo zikwiye gukoreshwa n'abashikirizabutumwa bararikira abantu ukwemera Imana Imwe Rudende Allah.

baba birenganije mu kugarariza, maze Imana Allah Ikabahanira ubugarariji bwabo.

60. Bantu! Ico cose muronswa mu bibondo n'amatungo, ni ico kuryoherwa gato mu buzima bwo kw'isi, ni n'igisharizo gusa muri nya buzima. Nayo ibitegekanirijwe abagamburukiramana biri ku Mana Allah, ni vyo vyiza gusumba kandi vyamaho. Mbega none, ntimwogarura akenge ngo mutahure ikibi n'iciza!

وَمَآ أُوتِيتُم مِّن شَيۡءٖ فَمَتَٰعُ ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَا وَزِينَتُهَاۚ وَمَا عِندَ ٱللَّهِ خَيۡرٞ وَأَبۡقَىٰٓۚ أَفَلَا تَعۡقِلُونَ ٦٠

61. Mbega none umuntu Twasezeraniye guha Ubwami bw'ijuru ku bugamburukiramana bwiwe, maze akazoronka ivyo Twamusezeraniye, ni nk'uwo Twahaye kuryoherwa gato mu buzima bwo kw'isi, maze akaryoherwa na nya buzima akabuhurumbira ha guhurumbira ubuzima bw'inyuma yo gupfa, hanyuma akazoshengezwa ku musi w'izuka, kugira aharurirwe ku vyo yakoze! Abo bantu babiri ntibashobora kunganya namba ubutore.

أَفَمَن وَعَدۡنَٰهُ وَعۡدًا حَسَنٗا فَهُوَ لَٰقِيهِ كَمَن مَّتَّعۡنَٰهُ مَتَٰعَ ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَا ثُمَّ هُوَ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ مِنَ ٱلۡمُحۡضَرِينَ ٦١

62. Umusi rero Imana Allah Yahamagaye abayibangikanije Ikababwira Iti: "Bari hehe kuri uno musi abo mwambakinanije kw'isi, mwibaza ko Tungana?".

وَيَوۡمَ يُنَادِيهِمۡ فَيَقُولُ أَيۡنَ شُرَكَآءِيَ ٱلَّذِينَ كُنتُمۡ تَزۡعُمُونَ ٦٢

63. Abararikira ubugarariji bamaze kwagirwa n'ibihano ku musi w'izuka, bazovuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Aba twahubishije, twabahubishije nk'uko na twe nyene twahuvye, turabiyamirije imbere yawe, mbere si twebwe bahora basenga, bahora basenga amashetani".

قَالَ ٱلَّذِينَ حَقَّ عَلَيۡهِمُ ٱلۡقَوۡلُ رَبَّنَا هَٰٓؤُلَآءِ ٱلَّذِينَ أَغۡوَيۡنَآ أَغۡوَيۡنَٰهُمۡ كَمَا غَوَيۡنَاۖ تَبَرَّأۡنَآ إِلَيۡكَۖ مَا كَانُوٓاْ إِيَّانَا يَعۡبُدُونَ ٦٣

64. Ababangikanyamana, ku musi w'izuka bazobwirwa bati: "Nimuhamagare rero abo mwahora mumbangikanya, mukabasenga mu gishingo canje Jewe Allah, baheze babakure mu bihano!". Bazoheza rero babahamagare bananirwe kubitaba, maze imigwi yompi ibone ukuri kwamye ibihano biyirindiriye, iheze yicuze kubona itari mu bagororotsi kw'isi.

وَقِيلَ ٱدۡعُواْ شُرَكَآءَكُمۡ فَدَعَوۡهُمۡ فَلَمۡ يَسۡتَجِيبُواْ لَهُمۡ وَرَأَوُاْ ٱلۡعَذَابَۚ لَوۡ أَنَّهُمۡ كَانُواْ يَهۡتَدُونَ ٦٤

65. Umusi Imana Allah Yahamagaye ababangikanyamana Ikababwira Iti: "Mbega Intumwa Nabarungikiye mwazumviye gute!".

وَيَوۡمَ يُنَادِيهِمۡ فَيَقُولُ مَاذَآ أَجَبۡتُمُ ٱلۡمُرۡسَلِينَ ٦٥

66. Nta vyireguzo kuri uwo musi bazoronka, bazobura ayo bacira n'ayo bamira, ntibazonabazanya hagati yabo ngo baronke inyishu yobagirira akamaro.

فَعَمِيَتۡ عَلَيۡهِمُ ٱلۡأَنۢبَآءُ يَوۡمَئِذٖ فَهُمۡ لَا يَتَسَآءَلُونَ ٦٦

67. Uwo wese rero yigaye mu babangikanyamana, agaheza akemera akanakora n'ibikorwa vyiza bitegetswe, azoba ari mu baronse intsinzi mu buzima bwo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

فَأَمَّا مَن تَابَ وَءَامَنَ وَعَمِلَ صَٰلِحٗا فَعَسَىٰٓ أَن يَكُونَ مِنَ ٱلۡمُفۡلِحِينَ ٦٧

68. Ntumwa y'Imana! Imana yawe Rurema Allah, Irema ico Ishatse kurema, Ikanatora kuba umutoni wayo uwo Ishatse. Nta kiremwa na kimwe rero cokwishoboza gufata

وَرَبُّكَ يَخۡلُقُ مَا يَشَآءُ وَيَخۡتَارُۗ مَا كَانَ لَهُمُ ٱلۡخِيَرَةُۚ سُبۡحَٰنَ ٱللَّهِ وَتَعَٰلَىٰ عَمَّا

ingingo no guhitamwo ikintu, mu gihe Imana Allah Itabishatse. Nihaninahazwe rero Imana Allah, Yongere Ihabwe n'icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayibangikanya;

يُشْرِكُونَ ﴿٦٨﴾

69. Kandi burya Imana yawe Rurema Allah, Irazi neza ibihishijwe mu mishaha y'ibiremwa vyayo hamwe n'ivyo bigirira ku mugaragaro.

وَرَبُّكَ يَعْلَمُ مَا تُكِنُّ صُدُورُهُمْ وَمَا يُعْلِنُونَ ﴿٦٩﴾

70. Ni Allah ata mana yindi ibwirijwe gusengwa atari Yo; ishimagizwa, ni iryayo mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa; ishingwa ry'ingingo ku biremwa, ni iryayo. Ni no kuri Yo rero mwebwe mwese muzosubizwa mumaze gupfa kugira muharurirwe, muhemberwe n'ivyo mwakoze.

وَهُوَ ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ۖ لَهُ ٱلْحَمْدُ فِى ٱلْأُولَىٰ وَٱلْءَاخِرَةِ ۖ وَلَهُ ٱلْحُكْمُ وَإِلَيْهِ تُرْجَعُونَ ﴿٧٠﴾

71. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Emwe bantu! Nimumbwire uko vyogenda, mbe mu gihe Imana Allah Yobagirira ijoro ryamaho gushika ku musi w'umuhero w'isi, ni iyihe mana yindi atari Imana Allah yobazanira umuco ubamurikira ku murango! Ubwo ntimwokwumva mugategera!".

قُلْ أَرَءَيْتُمْ إِن جَعَلَ ٱللَّهُ عَلَيْكُمُ ٱلَّيْلَ سَرْمَدًا إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ مَنْ إِلَٰهٌ غَيْرُ ٱللَّهِ يَأْتِيكُم بِضِيَآءٍ ۖ أَفَلَا تَسْمَعُونَ ﴿٧١﴾

72. Ntumwa y'Imana! Babwire kandi uti: "Nimumbwire uko vyogenda, mbe mu gihe Imana Allah Yobagirira umurango wamaho gushika ku musi w'umuhero w'isi, ni iyihe mana yindi atari Imana Allah yobazanira ijoro mwotururamwo! Ubwo ntimushobora kubona mukihweza itandukaniro riri hagati y'ijoro n'umurango!".

قُلْ أَرَءَيْتُمْ إِن جَعَلَ ٱللَّهُ عَلَيْكُمُ ٱلنَّهَارَ سَرْمَدًا إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ مَنْ إِلَٰهٌ غَيْرُ ٱللَّهِ يَأْتِيكُم بِلَيْلٍ تَسْكُنُونَ فِيهِ ۚ أَفَلَا تُبْصِرُونَ ﴿٧٢﴾

73. Bantu! Ni ku mpuhwe z'Imana Allah rero kuba Yarabagiriye ijoro n'umurango bikurakuranwa mu kubisikanya, Iraheza Igira ijoro kuba umuzimagiza kugira muturure muri nya joro muheze muruhuke; Igira n'umurango kuba habona kugira murondere icorirenza mu mpano zayo. Ivyo vyose Yabibagiriye kugira muyishimire ku nema zayo Yabahaye.

وَمِن رَّحْمَتِهِۦ جَعَلَ لَكُمُ ٱلَّيْلَ وَٱلنَّهَارَ لِتَسْكُنُوا۟ فِيهِ وَلِتَبْتَغُوا۟ مِن فَضْلِهِۦ وَلَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ ﴿٧٣﴾

74. Umusi rero Imana Allah Yahamagaye abayibangikanije Ikababwira Iti: "Bari hehe kuri uno musi abo mwambangikanije kw'isi, mwibaza ko Tungana?".

وَيَوْمَ يُنَادِيهِمْ فَيَقُولُ أَيْنَ شُرَكَآءِىَ ٱلَّذِينَ كُنتُمْ تَزْعُمُونَ ﴿٧٤﴾

75. Tuzoheza rero Twebwe Allah, Dukure icabona mu mugwi uwo ari wo wose w'abantu bagararije, ico cabona kikazoba ari Intumwa barungikiwe izobagiriza ko bayigararije, maze Tubwire nya mugwi w'abantu Duti: "Enda nyabuna rero, nimuzane ivyemezo vyanyu mwisunga mu kubangikanya Imana Allah!", ntibazoronka n'ico bireguza. Bazoheza rero bamenye ko icemezo c'ukuri ari ikivuye ku Mana Allah, maze bihakane ibangikanyamana, eka n'ivugirwa baziga ku bigirwamana vyabo, nta ryo bazokwigera baronka.

وَنَزَعْنَا مِن كُلِّ أُمَّةٍ شَهِيدًا فَقُلْنَا هَاتُوا۟ بُرْهَٰنَكُمْ فَعَلِمُوٓا۟ أَنَّ ٱلْحَقَّ لِلَّهِ وَضَلَّ عَنْهُم مَّا كَانُوا۟ يَفْتَرُونَ ﴿٧٥﴾

76. Mu vy'ukuri Qaaruuni, yari mu bantu ba Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) araheza abishimako. Twebwe Allah, Twaranahaye Qaaruuni amatungo menshi, kugera n'aho impfunguruzo z'ububiko bwa nya matungo zaterurwa n'umugwi w'abagabo b'imirya. Igihe rero abantu ba Qaaruuni bamubwira bamuhanura bati: "Ntugire amanyama mu kwishimira amatungo yawe; mu vy'ukuri Imana Allah, ntikunda na gato abanyamanyama bishimira ivyo bafise, ha kuyishimira ku nema zayo;

۞إِنَّ قَٰرُونَ كَانَ مِن قَوۡمِ مُوسَىٰ فَبَغَىٰ عَلَيۡهِمۡۖ وَءَاتَيۡنَٰهُ مِنَ ٱلۡكُنُوزِ مَآ إِنَّ مَفَاتِحَهُۥ لَتَنُوٓأُ بِٱلۡعُصۡبَةِ أُوْلِي ٱلۡقُوَّةِ إِذۡ قَالَ لَهُۥ قَوۡمُهُۥ لَا تَفۡرَحۡۖ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ ٱلۡفَرِحِينَ ٧٦

77. Enda nyabuna rero, ronderera indishi zo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, mu gutanga mu vyo Imana Allah Yaguhaye, kandi ntuzokwiyibagire mu kwibeshaho neza kw'isi ata gusesagura, uheze uhereze abantu imperezwa ku bugwaneza ata gashinyaguro, nka kurya Imana Allah Yakugiriye ubugwaneza mu kuguha amatungo menshi; kandi ntukagire ubwononyi kw'isi mu gutandukira ibizira no kwishima ku bantu, mu vy'ukuri Imana Allah, ntikunda na gato abagenzwa n'ubwononyi kw'isi".

وَٱبۡتَغِ فِيمَآ ءَاتَىٰكَ ٱللَّهُ ٱلدَّارَ ٱلۡأٓخِرَةَۖ وَلَا تَنسَ نَصِيبَكَ مِنَ ٱلدُّنۡيَاۖ وَأَحۡسِن كَمَآ أَحۡسَنَ ٱللَّهُ إِلَيۡكَۖ وَلَا تَبۡغِ ٱلۡفَسَادَ فِي ٱلۡأَرۡضِۖ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ ٱلۡمُفۡسِدِينَ ٧٧

78. Qaaruuni n'ubwishime n'akantu yabishuye ati: "Ni ukuri aya matungo, nayahawe ku bumenyi n'ubukerebutsi mfise!". Mbega Qaaruuni, ntiyamenye ko mu vy'ukuri Imana Allah Yahoneje hambere yiwe mu migwi y'abantu, abari bafise inguvu n'amatungo menshi kumurusha! Kandi burya abanyavyaha, ntibazobazwa ku vyaha vyabo kugira bishure ku vyo Imana Allah Itazi, ahubwo bazobazwa kugira bamaramare, bateterwe.

قَالَ إِنَّمَآ أُوتِيتُهُۥ عَلَىٰ عِلۡمٍ عِندِيٓۚ أَوَلَمۡ يَعۡلَمۡ أَنَّ ٱللَّهَ قَدۡ أَهۡلَكَ مِن قَبۡلِهِۦ مِنَ ٱلۡقُرُونِ مَنۡ هُوَ أَشَدُّ مِنۡهُ قُوَّةٗ وَأَكۡثَرُ جَمۡعٗاۚ وَلَا يُسۡـَٔلُ عَن ذُنُوبِهِمُ ٱلۡمُجۡرِمُونَ ٧٨

79. Ni ho rero Qaaruuni yasohoka ashajije imbere y'abantu biwe kugira babone ko ahambaye. Abagomba ibihendamaso vy'ubuzima bwo kw'isi bagize ngo baramubonye, baciye bavuga bati: "Ese icari kuduha amatungo n'icubahiro nk'ivyo Qaaruuni yahawe! Mu vy'ukuri Qaaruuni, yarahawe ibakwe ryo kuronka umugabane uhambaye mu vy'isi".

فَخَرَجَ عَلَىٰ قَوۡمِهِۦ فِي زِينَتِهِۦۖ قَالَ ٱلَّذِينَ يُرِيدُونَ ٱلۡحَيَوٰةَ ٱلدُّنۡيَا يَٰلَيۡتَ لَنَا مِثۡلَ مَآ أُوتِيَ قَٰرُونُ إِنَّهُۥ لَذُو حَظٍّ عَظِيمٖ ٧٩

80. Nayo abahawe ubumenyi bwo gutahura Imana Allah n'amabwirizwa yayo, barabishuye bavuga bati: "Murahumiwe! Burya indishi y'Imana Allah ku muntu yayemeye akemera n'Intumwa zayo, agakora n'ivyiza bitegetswe, ni yo nziza gusumba ivyahawe Qaaruuni. Nta n'abakira iyi mpanuro bagashobozwa kuyigendera, kiretse abihanganira kwumvira Imana Allah mu gushira mu ngiro amabwirizwa yayo".

وَقَالَ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلۡعِلۡمَ وَيۡلَكُمۡ ثَوَابُ ٱللَّهِ خَيۡرٞ لِّمَنۡ ءَامَنَ وَعَمِلَ صَٰلِحٗاۚ وَلَا يُلَقَّىٰهَآ إِلَّا ٱلصَّٰبِرُونَ ٨٠

81. Ni ho rero Twebwe Allah, Twafuririra Qaaruuni n'inyubakwa yiwe mu kuzimu maze amirwa n'isi,

فَخَسَفۡنَا بِهِۦ وَبِدَارِهِ ٱلۡأَرۡضَ فَمَا كَانَ لَهُۥ

ntiyanaronse n'umwe mu ngabo, yomukingira ibihano vy'Imana Allah, eka ntiyari no mu barokoka muri nya bihano;

مِن فِئَةٍ يَنصُرُونَهُۥ مِن دُونِ ٱللَّهِ وَمَا كَانَ مِنَ ٱلْمُنتَصِرِينَ ﴿٨١﴾

82. Maze abipfuje kuba nka Qaaruuni bazinduka batekewe n'ubwoba n'akantu bavuga bati: "Ewe jewe wanje! Ni ukuri burya Imana Allah, Iha umusesekara w'ibibeshaho uwo Ishatse mu baja bayo, Ikanagerera uwo Ishatse muri bo. Iyo Imana Allah Itatugirira ubuntu, Yari kuduhanira hamwe na Qaaruuni ku vyo twavuze. Ewe jewe wanje! Ni ukuri, burya abagarariji ntibazoronka intsinzi namba yo gushika ku vyo bipfuza, haba mu buzima bwo kw'isi eka no mu bw'inyuma yo gupfa".

وَأَصْبَحَ ٱلَّذِينَ تَمَنَّوْا۟ مَكَانَهُۥ بِٱلْأَمْسِ يَقُولُونَ وَيْكَأَنَّ ٱللَّهَ يَبْسُطُ ٱلرِّزْقَ لِمَن يَشَآءُ مِنْ عِبَادِهِۦ وَيَقْدِرُ ۖ لَوْلَآ أَن مَّنَّ ٱللَّهُ عَلَيْنَا لَخَسَفَ بِنَا ۖ وَيْكَأَنَّهُۥ لَا يُفْلِحُ ٱلْكَٰفِرُونَ ﴿٨٢﴾

83. Ivyiza vyo muri ubwo buzima bw'inyuma yo gupfa, Tubigenera gusa abantu batagenzwa n'amanyama mu guhonyanga ukuri, no mu gukwiragiza ubwononyi kw'isi. Burya iherezo ryiza ryo kuronswa Ubwami bw'ijuru, ni iry'abagamburukiramana.

تِلْكَ ٱلدَّارُ ٱلْءَاخِرَةُ نَجْعَلُهَا لِلَّذِينَ لَا يُرِيدُونَ عُلُوًّا فِى ٱلْأَرْضِ وَلَا فَسَادًا ۚ وَٱلْعَٰقِبَةُ لِلْمُتَّقِينَ ﴿٨٣﴾

84. Abazoza rero ku musi w'izuka baremera Imana Imwe Rudende Allah, bakaba baranakoze n'ivyiza bitegetswe, bazoheza bahabwe n'Imana Allah indishi nziza cane y'Ubwami bw'ijuru. Nayo abazoza kuri nya musi barabangikanya Imana Allah baranakoze n'ivyaha, nibamenye ko abakoze ivyaha batazohembwa kiretse ku vyaha nyene bakoze.

مَن جَآءَ بِٱلْحَسَنَةِ فَلَهُۥ خَيْرٌ مِّنْهَا ۖ وَمَن جَآءَ بِٱلسَّيِّئَةِ فَلَا يُجْزَى ٱلَّذِينَ عَمِلُوا۟ ٱلسَّيِّـَٔاتِ إِلَّا مَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿٨٤﴾

85. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, Uwakumanuriye Qor'ani Akakubwiriza kuyigendera no kurarikira abantu kuyikurikira, ni ukuri Azogusubiza iyo waje uva i Makka. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire ababangikanyamana uti: "Imana yanje Rurema Allah, Irazi neza uwazanye uburongozi, Irazi n'uwuri mu muzimagiza ugaragara uri kure y'ukuri".

إِنَّ ٱلَّذِى فَرَضَ عَلَيْكَ ٱلْقُرْءَانَ لَرَآدُّكَ إِلَىٰ مَعَادٍ ۚ قُل رَّبِّىٓ أَعْلَمُ مَن جَآءَ بِٱلْهُدَىٰ وَمَنْ هُوَ فِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٨٥﴾

86. Ntumwa y'Imana! Ntiwaziga ko wururukirizwa Igitabu ca Qor'ani, ariko Imana Allah ku mpuhwe zayo Yarakikumanuriye. Uraheza rero ushimire Imana Allah ku nema zayo, kandi ntukabe umufasha w'abagarariji mu bwononyi.

وَمَا كُنتَ تَرْجُوٓا۟ أَن يُلْقَىٰٓ إِلَيْكَ ٱلْكِتَٰبُ إِلَّا رَحْمَةً مِّن رَّبِّكَ ۖ فَلَا تَكُونَنَّ ظَهِيرًا لِّلْكَٰفِرِينَ ﴿٨٦﴾

87. Ababangikanyamana, ntibakakubuze gushikiriza Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah inyuma y'aho Ibikumanuriye, shikiriza rero ata guhigimanga ubutumwa bw'Imana yawe Rurema Allah, kandi ntukabe mu babangikanyamana ku kintu na kimwe.

وَلَا يَصُدُّنَّكَ عَنْ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ بَعْدَ إِذْ أُنزِلَتْ إِلَيْكَ ۖ وَٱدْعُ إِلَىٰ رَبِّكَ ۖ وَلَا تَكُونَنَّ مِنَ ٱلْمُشْرِكِينَ ﴿٨٧﴾

وَلَا تَدۡعُ مَعَ ٱللَّهِ إِلَٰهًا ءَاخَرَۘ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَۚ كُلُّ شَيۡءٍ هَالِكٌ إِلَّا وَجۡهَهُۥۚ لَهُ ٱلۡحُكۡمُ وَإِلَيۡهِ تُرۡجَعُونَ ٨٨

88. Ntukiyegereze mu gusenga iyindi mana hamwe n'Imana Allah, nta mana yindi ibwirijwe gusengwa atari Yo. Ikintu cose kizohona kiretse Imana Allah ubwayo Yonyene[1]. Ishingwa ry'ingingo ku biremwa ni iryayo, ni no kuri Yo muzosubizwa mumaze gupfa kugira muharurirwe, muhemberwe n'ivyo mwakoze.

29. Al'Ankabuut (Igitangurirwa)
Aayah 69, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

الٓمٓ ١

1. Alif Laam Miim[2].

أَحَسِبَ ٱلنَّاسُ أَن يُتۡرَكُوٓاْ أَن يَقُولُوٓاْ ءَامَنَّا وَهُمۡ لَا يُفۡتَنُونَ ٢

2. Mbega abantu bibaza ko mu gihe bavuze bati: "Twemeye", borekwa gutyo gusa batabanje kugeragezwa mw'iyubahirizwa ry'amabwirizwa y'Imana Allah!

وَلَقَدۡ فَتَنَّا ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِمۡۖ فَلَيَعۡلَمَنَّ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ صَدَقُواْ وَلَيَعۡلَمَنَّ ٱلۡكَٰذِبِينَ ٣

3. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarageraageje mu buryo butandukanye abantu bo hambere yabo inyuma y'ukubarungikira Intumwa. Burya Imana Allah, ni ukuri Izogaragariza abantu ku vyo Isanzwe Izi, ukuri kw'abemeye vy'ukuri muri bo, n'ikinyoma c'abemeye gusa ku karimi bitavuye ku mutima, maze hamenyekane imvugakuri n'umunyakinyoma. Izoheza rero Ihembere umugwi wose muri yo ivyo wakoze.

أَمۡ حَسِبَ ٱلَّذِينَ يَعۡمَلُونَ ٱلسَّيِّـَٔاتِ أَن يَسۡبِقُونَاۚ سَآءَ مَا يَحۡكُمُونَ ٤

4. Karashize ingani, abanyavyaha bibaze ko bocaruka bakatunanira guhana! Nibaba bibaza ukwo rero, ni mbi cane ingingo bafata.

مَن كَانَ يَرۡجُواْ لِقَآءَ ٱللَّهِ فَإِنَّ أَجَلَ ٱللَّهِ لَأٓتٖۚ وَهُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلۡعَلِيمُ ٥

5. Uwuzoba yizeye kuzohura n'Imana Allah Ikamuhembera ivyo yakoze, namenye mu vy'ukuri ko isango ry'Imana Allah ryo kuzura ibiremwa kugira bihemberwe ivyo vyakoze, riri hafi kugera, ni na Yo Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'ibiremwa; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo bikora n'ivyo bizirikana.

وَمَن جَٰهَدَ فَإِنَّمَا يُجَٰهِدُ لِنَفۡسِهِۦٓۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَغَنِيٌّ عَنِ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٦

6. Uwuzoharanira ko ijambo ry'Imana Allah riganza, akihanganira n'igamburukiramana, ni ukuri bizoba ari ku neza yiwe. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni ukuri ni Yo Uwikenuye, Yikenuye muri vyose, nta co Ikeneye mu bikorwa vy'ibiremwa.

[2] Muri iyi Aayah, harimwo icemezo c'uko Imana Allah Ifise mu maso mu buryo buberanye n'icubahiro cayo.

[2] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

7. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe, ni ukuri Twebwe Allah, Tuzobahanagurira ibicumuro vyabo, Tuzonababemba indishi nziza cane ku vyiza bakoze.

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَنُكَفِّرَنَّ عَنۡهُمۡ سَيِّـَٔاتِهِمۡ وَلَنَجۡزِيَنَّهُمۡ أَحۡسَنَ ٱلَّذِي كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ٧

8. Umuntu, Twamuhanuye kuba umugwaneza ku bavyeyi biwe mu mvugo n'ingiro. Muntu! Abavyeyi bawe nibaramuka baguhatiye ku kumbangikanya n'ikindi kintu, ntuzobumvire na gato[1]. Ni kuri Jewe Allah muzosubizwa mwese, Mpeze Ndabamenyeshe ivyo mwari mwarakoze kw'isi, Ndabibahembere.

وَوَصَّيۡنَا ٱلۡإِنسَٰنَ بِوَٰلِدَيۡهِ حُسۡنٗاۖ وَإِن جَٰهَدَاكَ لِتُشۡرِكَ بِي مَا لَيۡسَ لَكَ بِهِۦ عِلۡمٞ فَلَا تُطِعۡهُمَآۚ إِلَيَّ مَرۡجِعُكُمۡ فَأُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمۡ تَعۡمَلُونَ ٨

9. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo rero bagakora n'ivyiza bitegetswe, ni ukuri Twebwe Allah, Tuzobinjiza mu beranda bo mu Bwami bw'ijuru.

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَنُدۡخِلَنَّهُمۡ فِي ٱلصَّٰلِحِينَ ٩

10. Burya mu bantu, harimwo abavuga n'akarimi gasosa gusa bitavuye ku mutima bati: "Twemeye Imana Allah". Bagize ngo barageramiwe n'ababangikanyamana kubera ukwemera kwabo, bagaca bihebura bagacika inkokora mu kutihanganira nya geramirwa, nk'aho nya geramirwa ryoba ari ibihano vy'Imana Allah, bagaca badohoka no ku kwemera. Ntumwa y'Imana! N'iyo abemaramana baronse intsinzi ivuye ku Mana yawe Rurema Allah, ni ukuri nya bantu badohoka ku kwemera, baca bavuga bati: "Ni ukuri, twebwe twari kumwe na mwe mu kubatabara!". Mbega burya Imana Allah, si Yo Izi neza ibiri mu mishaha y'ibiremwa!

وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يَقُولُ ءَامَنَّا بِٱللَّهِ فَإِذَآ أُوذِيَ فِي ٱللَّهِ جَعَلَ فِتۡنَةَ ٱلنَّاسِ كَعَذَابِ ٱللَّهِۖ وَلَئِن جَآءَ نَصۡرٞ مِّن رَّبِّكَ لَيَقُولُنَّ إِنَّا كُنَّا مَعَكُمۡۚ أَوَلَيۡسَ ٱللَّهُ بِأَعۡلَمَ بِمَا فِي صُدُورِ ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٠

11. Burya Imana Allah, ni ukuri Izogaragariza abantu ku vyo Isanzwe Izi, ukuri kw'abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo, bakubahiriza n'amabwirizwa yayo; ni ukuri, Izonagaragaza n'indyarya.

وَلَيَعۡلَمَنَّ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَلَيَعۡلَمَنَّ ٱلۡمُنَٰفِقِينَ ١١

12. Abahakanye isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah mu Bakorayishi, batemera n'ivyo Yasezeraniye ibiremwa, bavuze babwira abemeye Imana Allah bakanagendera n'amabwirizwa yayo, bati: "Nimuvavanure n'idini rya Muhamadi, maze mukurikire idini ryacu, duheze twiremeke ivyaha vyanyu, tuzobihanirwe". Eka noneho ntibashoboye kwiremeka na kimwe mu vyaha vyabo, mu vy'ukuri barabesha mu vyo babwiye abemeramana.

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لِلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱتَّبِعُواْ سَبِيلَنَا وَلۡنَحۡمِلۡ خَطَٰيَٰكُمۡ وَمَا هُم بِحَٰمِلِينَ مِنۡ خَطَٰيَٰهُم مِّن شَيۡءٍۖ إِنَّهُمۡ لَكَٰذِبُونَ ١٢

13. Ni ukuri, ababangikanyamana bazokwiremeka ivyaha vyabo, hiyongeyeko n'ivyaha vy'abo bahubishije bakanababuragiza gukurikira inzira y'Imana Allah; kandi ni ukuri ku musi w'izuka, bazobazwa ku vyo bahora barementaniriza Imana Allah.

وَلَيَحۡمِلُنَّ أَثۡقَالَهُمۡ وَأَثۡقَالٗا مَّعَ أَثۡقَالِهِمۡۖ وَلَيُسۡـَٔلُنَّ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ عَمَّا كَانُواْ يَفۡتَرُونَ ١٣

[1] Ivyaha n'ibicumuro, biri mu vyo umuntu atarekuriwe kwumviramwo abavyeyi mu gihe bamuhatiye kubikora; kuko bitarekuwe kwumvira kiremwa-muntu mu biciye kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah.

14. Ni ukuri Twebwe Allah, Twararungitse Nuhu ku bantu biwe, araheza abana na bo imyaka igihumbi haburamwo imyaka mirongo itanu; muri iyo myaka yose yabararikira ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, ariko ntibigeze bamwumvira namba, maze Imana Allah Ica Ibahonesha isegenya ry'akataraboneka, barirenganije koko mu kugarariza.

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَا نُوحًا إِلَىٰ قَوْمِهِۦ فَلَبِثَ فِيهِمْ أَلْفَ سَنَةٍ إِلَّا خَمْسِينَ عَامًا فَأَخَذَهُمُ ٱلطُّوفَانُ وَهُمْ ظَٰلِمُونَ ﴿١٤﴾

15. Ni ho rero Twarokora muri nya segenya Nuhu n'abamukurikiye bari mu bwato, Turaheza Tugira irokorwa ryabo inkebuzo ku biremwa vyose.

فَأَنجَيْنَٰهُ وَأَصْحَٰبَ ٱلسَّفِينَةِ وَجَعَلْنَٰهَآ ءَايَةً لِّلْعَٰلَمِينَ ﴿١٥﴾

16. Ntumwa y'Imana! Ibuka na Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), igihe yabwira abantu biwe yarungitsweko ati: "Enda rero nyabuna nimusenge Imana Imwe Rudende Allah mutayibangikanya na kimwe mu biremwa, muheze mwikingire ibihano vyayo mu kuyigamburukira, ivyo ni vyo vyiza gusumba kuri mwebwe nimwaba muzi ivyobagirira akamaro;

وَإِبْرَٰهِيمَ إِذْ قَالَ لِقَوْمِهِ ٱعْبُدُوا۟ ٱللَّهَ وَٱتَّقُوهُ ۖ ذَٰلِكُمْ خَيْرٌ لَّكُمْ إِن كُنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿١٦﴾

17. Bantu! Ni ukuri ivyo musenga mu gishingo c'Imana Allah, ni ibigirwamana murementanya ko ari imana. Mu vy'ukuri, ibigirwamana musenga mu gishingo c'Imana Allah, ntibishoboye kubaronsa ibibabeshaho, nimusabe rero Imana Allah ibibabeshaho ha gusaba ibigirwamana, muheze muyisenge ari Imwe Rudende mutayibangikanya, munayishimire ko Ibaronsa ibibabeshaho, ni kuri Yo rero muzosubizwa mumaze gupfa kugira muharurirwe, muhemberwe ivyo mwakoze".

إِنَّمَا تَعْبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ أَوْثَٰنًا وَتَخْلُقُونَ إِفْكًا ۚ إِنَّ ٱلَّذِينَ تَعْبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ لَا يَمْلِكُونَ لَكُمْ رِزْقًا فَٱبْتَغُوا۟ عِندَ ٱللَّهِ ٱلرِّزْقَ وَٱعْبُدُوهُ وَٱشْكُرُوا۟ لَهُۥٓ ۖ إِلَيْهِ تُرْجَعُونَ ﴿١٧﴾

18. Bantu! Muramutse muhakanye mwivuye inyuma Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku mvo z'uko ibararikira isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, ni ukuri n'imigwi y'abantu bo hambere yanyu, yarahakanye yivuye inyuma Intumwa yarungikiwe, maze irabihanirwa. Burya, nta kindi Intumwa ijejwe na canecane atari ugushikiriza ubutumwa mu buryo butomoye, kandi Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarabigize.

وَإِن تُكَذِّبُوا۟ فَقَدْ كَذَّبَ أُمَمٌ مِّن قَبْلِكُمْ ۖ وَمَا عَلَى ٱلرَّسُولِ إِلَّا ٱلْبَلَٰغُ ٱلْمُبِينُ ﴿١٨﴾

19. Mbega ababangikanyamana, ntibazi ukuntu Imana Allah Irema ikiremwa ata co Ifatiyeko, hanyuma Igasubira kukirema bushasha kandi caramaze guhona! Iryo remwa bushasha rero ry'icahonye, rirorohe cane ku Mana Allah kurusha iremwa ryaco ata co Ifatiyeko.

أَوَلَمْ يَرَوْا۟ كَيْفَ يُبْدِئُ ٱللَّهُ ٱلْخَلْقَ ثُمَّ يُعِيدُهُۥ ۚ إِنَّ ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ يَسِيرٌ ﴿١٩﴾

20. Ntumwa y'Imana! Bwira abahakana izurwa ry'ibiremwa, uti: "Nimugendagende kw'isi, maze mwirabire ukuntu Imana Allah Yaremye ibiremwa bitari bwabeho ata co Irinze gufatirako, hanyuma mumenye ko Ishoboye no

قُلْ سِيرُوا۟ فِى ٱلْأَرْضِ فَٱنظُرُوا۟ كَيْفَ بَدَأَ ٱلْخَلْقَ ثُمَّ ٱللَّهُ يُنشِئُ ٱلنَّشْأَةَ ٱلْءَاخِرَةَ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٢٠﴾

kubirema kandi bushasha. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Mushoboravyose, nta co Ishaka ngo kiyinanire".

يُعَذِّبُ مَن يَشَآءُ وَيَرۡحَمُ مَن يَشَآءُۖ وَإِلَيۡهِ تُقۡلَبُونَ ٢١

21. Imana Allah, Ihana uwo Ishatse mu biremwa, Ikamuhanira ivyo yakoze kw'isi; Ikanagirira impuhwe uwo Ishatse mu bigaye bakemera, bakanakora n'ivyiza bitegetswe. Bantu! Ni no kuri Yo rero muzosubizwa mumaze gupfa, kugira muharurirwe, muhemberwe n'ivyo mwakoze;

وَمَآ أَنتُم بِمُعۡجِزِينَ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَلَا فِي ٱلسَّمَآءِ وَمَا لَكُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ مِن وَلِيّٖ وَلَا نَصِيرٖ ٢٢

22. Kandi nimutumvira Imana Allah, ntimuzoyinanira haba kw'isi canke mw'ijuru; nta n'umwe rero mworonka atari Imana Allah, yobahagarikira akabatunganiriza ivyanyu, eka nta n'uwobatabara akabakingira ibihano vyayo;

وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَلِقَآئِهِۦٓ أُوْلَٰٓئِكَ يَئِسُواْ مِن رَّحۡمَتِي وَأُوْلَٰٓئِكَ لَهُمۡ عَذَابٌ أَلِيمٞ ٢٣

23. Abagararije Imana Allah bagahakana n'ivyemezo vyayo, n'uko bazohura na Yo ku musi w'izuka, abo nibamara kubona ibihano bibarindiriye, bazokwihebura mu kutaziga kuronka impuhwe zanje Jewe Allah. Abo, ni na bo rero bategekanirijwe n'ibihano bibabaza cane mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

فَمَا كَانَ جَوَابَ قَوۡمِهِۦٓ إِلَّآ أَن قَالُواْ ٱقۡتُلُوهُ أَوۡ حَرِّقُوهُ فَأَنجَىٰهُ ٱللَّهُ مِنَ ٱلنَّارِۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَٰتٖ لِّقَوۡمٖ يُؤۡمِنُونَ ٢٤

24. Nta n'inyishu yatanzwe n'abantu ba Ibrahimu atari ukubwirana hagati yabo bati: "Ibrahimu nimumwice canke mumuturire". Ni ho rero baheza bakamuta mu nkonge y'umuriro[1], maze Imana Allah Iramurokora muri nya nkonge, umuriro wayo ntiwamuturira mu kiringo cose yawumazemwo. Mu vy'ukuri mw'irokorwa rya Ibrahimu muri nya nkonge, ni ukuri harimwo ivyemezo vy'ubushobozi n'ububasha vyayo ku bantu bemera bakubahiriza n'amabwirizwa yayo.

وَقَالَ إِنَّمَا ٱتَّخَذۡتُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ أَوۡثَٰنٗا مَّوَدَّةَ بَيۡنِكُمۡ فِي ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَاۖ ثُمَّ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِ يَكۡفُرُ بَعۡضُكُم بِبَعۡضٖ وَيَلۡعَنُ بَعۡضُكُم بَعۡضٗا وَمَأۡوَىٰكُمُ ٱلنَّارُ وَمَا لَكُم مِّن نَّٰصِرِينَ ٢٥

25. Ibrahimu yabwiye abantu biwe ati: "Ni ukuri, ivyo musenga mu gishingo c'Imana Allah, ni ibigirwamana mwigiriye mwebwe nyene, muraheza mukunda kuvyitwararika no kubisenga mu buzima bwo kw'isi, hanyuma ku musi w'izuka bamwe muri mwebwe bazokwihakana abandi, maze basabiranire n'imivumo; ubushikiro bwanyu mwese rero, ni mu muriro, ntimuzonaronka n'uwubatabara ngo ntimuwinjire";

۞ فَـَٔامَنَ لَهُۥ لُوطٞۘ وَقَالَ إِنِّي مُهَاجِرٌ إِلَىٰ رَبِّيٓۖ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلۡعَزِيزُ ٱلۡحَكِيمُ ٢٦

26. Ni ho rero Luutwi yemera Ibrahimu akamukurikira. Ibrahimu ni ho yavuga ati: "Mu vy'ukuri jewe, ngira nimukire mu gihugu ca Shaamu[2] ku bw'Imana yanje Rurema Allah; mu vy'ukuri, ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora".

[1] Igicaniro amahanga

[2] Shaamu muri kahise, ni izina ry'akarere kari kagizwe n'ibihugu vya Siriya, Libani, Jordaniya, Palestina, Tabuki na Sinayi.

27. Twaranahaye Ibrahimu ikibondo Is-haka, Twongera Tumuha umwuzukuru yitwa Yakubu mwene Is-haka. Twaranagize mu ruvyaro rwiwe Abavugishwamana Tubaha n'Ibitabu. Ku kubera igeragezwa ryamushikiye mu gushikiriza ubutumwa rero, Twamuhaye n'indishi yo kuronswa uruvyaro rweranda no kuyagwa neza n'abantu kw'isi, mu vy'ukuri no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni ukuri azoba ari mu beranda.

وَوَهَبْنَا لَهُۥٓ إِسْحَٰقَ وَيَعْقُوبَ وَجَعَلْنَا فِى ذُرِّيَّتِهِ ٱلنُّبُوَّةَ وَٱلْكِتَٰبَ وَءَاتَيْنَٰهُ أَجْرَهُۥ فِى ٱلدُّنْيَا ۖ وَإِنَّهُۥ فِى ٱلْءَاخِرَةِ لَمِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿٢٧﴾

28. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Luutwi yabwira abantu biwe ati: "Murakenyeye mukore icaha c'agahomerabunwa kitigeze gikorwa aho hambere yanyu n'umuntu n'umwe mu biremwa!

وَلُوطًا إِذْ قَالَ لِقَوْمِهِۦٓ إِنَّكُمْ لَتَأْتُونَ ٱلْفَٰحِشَةَ مَا سَبَقَكُم بِهَا مِنْ أَحَدٍ مِّنَ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٢٨﴾

29. Ubwo ni ukuri karashize ingani, mwubahuke kurangurana amabanga y'abubatse n'abagabo nkamwe, mukanategerera abantu ku nzira kugira mubambure utwabo, mwongera mubafata ku nguvu, mukanabakorera ibibi vy'agahomerabunwa mu gihe muri ku buteramo bwanyu, mu kubangamira abarengana mubandagaza, mubatera n'amabuye!". Nta n'inyishu yatanzwe n'abantu ba Luutwi atari ukuvuga bati: "Enda nyabuna rero, tuzanire ibihano vy'Imana Allah Yakurungitse niwaba koko uri mu mvugakuri".

أَئِنَّكُمْ لَتَأْتُونَ ٱلرِّجَالَ وَتَقْطَعُونَ ٱلسَّبِيلَ وَتَأْتُونَ فِى نَادِيكُمُ ٱلْمُنكَرَ ۖ فَمَا كَانَ جَوَابَ قَوْمِهِۦٓ إِلَّآ أَن قَالُوا۟ ٱئْتِنَا بِعَذَابِ ٱللَّهِ إِن كُنتَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ﴿٢٩﴾

30. Luutwi yasavye Imana Allah avuga ati: "Mana janje Rurema Allah! Ntabara Uheze Uhane abantu bagenzwa n'ubwononyi bw'agahomerabunwa". Imana Allah Iraheza Iramwumvira.

قَالَ رَبِّ ٱنصُرْنِى عَلَى ٱلْقَوْمِ ٱلْمُفْسِدِينَ ﴿٣٠﴾

31. Igihe rero Intumwa zacu z'abamalayika zaca kwa Ibrahimu, zimuzaniye inkuru nziza yuko umukenyezi wiwe Sarah azokwibaruka umwana w'umuhungu yitwa Is-haka, azoheza akamuvyarira umwuzukuru yitwa Yakubu mwene Is-haka, zamubwiye ziti: "Mu vy'ukuri, twebwe twaje guhonya agacimbiri ka Saduma k'abantu ba Luutwi; mu vy'ukuri abantu bo muri nya gacimbiri, bari birenganije mu gukora icaha c'agahomerabunwa";

وَلَمَّا جَآءَتْ رُسُلُنَآ إِبْرَٰهِيمَ بِٱلْبُشْرَىٰ قَالُوٓا۟ إِنَّا مُهْلِكُوٓا۟ أَهْلِ هَٰذِهِ ٱلْقَرْيَةِ ۖ إِنَّ أَهْلَهَا كَانُوا۟ ظَٰلِمِينَ ﴿٣١﴾

32. Ibrahimu yabwiye nya bamalayika ati: "Mu vy'ukuri, muri ako gacimbiri hariyo Luutwi atari mu birenganije!". Nya bamalayika bamwishura bati: "Twebwe turazi neza abari muri ko; ni ukuri, dutegerezwa kumurokora we hamwe n'umuryango wiwe, kiretse umugore wiwe aza guhanwa mu bandi".

قَالَ إِنَّ فِيهَا لُوطًا ۚ قَالُوا۟ نَحْنُ أَعْلَمُ بِمَن فِيهَا ۖ لَنُنَجِّيَنَّهُۥ وَأَهْلَهُۥٓ إِلَّا ٱمْرَأَتَهُۥ كَانَتْ مِنَ ٱلْغَٰبِرِينَ ﴿٣٢﴾

33. Igihe rero intumwa zacu Twebwe Allah z'abamalayika zashika kwa Luutwi, Luutwi yaragize impungenge ku muzo wazo, kuko yibaza ko ari ingenzi, agatinya ko abantu biwe bozishirako isoni. Za ntumwa z'abamalayika zimaze

وَلَمَّآ أَن جَآءَتْ رُسُلُنَا لُوطًا سِىٓءَ بِهِمْ وَضَاقَ بِهِمْ ذَرْعًا ۖ وَقَالُوا۟ لَا تَخَفْ وَلَا تَحْزَنْ

kwidondora no kumenyesha ikizigenza, zabwiye Luutwi ziti: “Tekana, ntugire ubwoba namba; abantu bawe ntibashobora kwegera n’aho turi, kandi ntiwicwe n’intuntu kw’ihonywa ry’abantu bawe, mu vy’ukuri turakurokora mu bihano wewe hamwe n’umuryango wawe, kiretse umugore wawe aza guhanwa mu bandi;

إِنَّا مُنَجُّوكَ وَأَهۡلَكَ إِلَّا ٱمۡرَأَتَكَ كَانَتۡ مِنَ ٱلۡغَٰبِرِينَ ٣٣

34. Mu vy’ukuri, duhava tumanurira abantu bo muri kano gacimbiri, ibihano bizananye hejuru ku kubera ubugaba bwabo bwo kurenga ku mabwirizwa y’Imana Allah, bagakora icaha c’agahomerabunwa”.

إِنَّا مُنزِلُونَ عَلَىٰٓ أَهۡلِ هَٰذِهِ ٱلۡقَرۡيَةِ رِجۡزٗا مِّنَ ٱلسَّمَآءِ بِمَا كَانُواْ يَفۡسُقُونَ ٣٤

35. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarasigaje mu mihana y’abantu ba Luutwi, icemezo kigaragara cotuma abantu b’abanyabwenge batahura ubushobozi n'ububasha vy’Imana Allah, bakikebuka, bagaheza bakayigamburukira.

وَلَقَد تَّرَكۡنَا مِنۡهَآ ءَايَةَۢ بَيِّنَةٗ لِّقَوۡمٖ يَعۡقِلُونَ ٣٥

36. Twaranarungikiye abantu bo muri Madiyana mwenewabo Shu’ayibu, arababwira ati: “Bantu banje narungitsweko! Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge mutayibangikanya, (nta yindi mana mufise ikwiye gusengwa atari Yo) muheze mwizere indishi yo ku musi w’iherezo, kandi ntimukagenzwe no gukwiragiza ubwononyi n’ubugaba kw’isi”.

وَإِلَىٰ مَدۡيَنَ أَخَاهُمۡ شُعَيۡبٗا فَقَالَ يَٰقَوۡمِ ٱعۡبُدُواْ ٱللَّهَ وَٱرۡجُواْ ٱلۡيَوۡمَ ٱلۡأٓخِرَ وَلَا تَعۡثَوۡاْ فِي ٱلۡأَرۡضِ مُفۡسِدِينَ ٣٦

37. Maze abantu bo muri Madiyana barahakana bivuye inyuma Intumwa Shu’ayibu, nyamugigima y’akataraboneka ica irabajegeza, maze buca mu mihana yabo ari ibiziga vyibereye aho.

فَكَذَّبُوهُ فَأَخَذَتۡهُمُ ٱلرَّجۡفَةُ فَأَصۡبَحُواْ فِي دَارِهِمۡ جَٰثِمِينَ ٣٧

38. Twaranahoneje Bene Aadi na Bene Thamuudi. Ni ukuri, mwaranamenye ukuntu imihana yabo yasigaye igaragara ata n’igisanira kiharangwa, shetani ikaba yari yaranabaryohereje gukora ibikorwa bibi, ikanababuzagiza no gukurikira inzira yo kwemera Imana Allah n’Intumwa zayo. Bari baranibona ko bari mu kuri kandi bari mu buhuvyi.

وَعَادٗا وَثَمُودَاْ وَقَد تَّبَيَّنَ لَكُم مِّن مَّسَٰكِنِهِمۡۖ وَزَيَّنَ لَهُمُ ٱلشَّيۡطَٰنُ أَعۡمَٰلَهُمۡ فَصَدَّهُمۡ عَنِ ٱلسَّبِيلِ وَكَانُواْ مُسۡتَبۡصِرِينَ ٣٨

39. Twaranahoneje Qaaruuni na Firawuni hamwe na Haamaani. Abo bose rero, ni ukuri Musa yarabazaniye ivyemezo bigaragara, baca bagira amanyama mu kugenzwa n’ubwononyi kw’isi, ntibari no gucaruka ngo baducike.

وَقَٰرُونَ وَفِرۡعَوۡنَ وَهَٰمَٰنَۖ وَلَقَدۡ جَآءَهُم مُّوسَىٰ بِٱلۡبَيِّنَٰتِ فَٱسۡتَكۡبَرُواْ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَمَا كَانُواْ سَٰبِقِينَ ٣٩

40. Umwe wese muri abo Tudondaguye rero, Twamuhaniye icaha ciwe ku gatwe kiwe; muri bo harimwo abantu ba Luutwi Twahanishije igihuhusi c’amabuye y’urutavanako maze kirabahitana; hakabamwo n’abantu ba Swalehe n’abantu ba Shu’ayibu bahitanwe n’akaruru gahonya gaturutse hejuru; hakabamwo na Qaaruuni Twafuririye mu kuzimu; harimwo rero n’abantu ba Nuhu

فَكُلّٗا أَخَذۡنَا بِذَنۢبِهِۦۖ فَمِنۡهُم مَّنۡ أَرۡسَلۡنَا عَلَيۡهِ حَاصِبٗا وَمِنۡهُم مَّنۡ أَخَذَتۡهُ ٱلصَّيۡحَةُ وَمِنۡهُم مَّنۡ خَسَفۡنَا بِهِ ٱلۡأَرۡضَ وَمِنۡهُم مَّنۡ

أَغۡرَقۡنَاۚ وَمَا كَانَ ٱللَّهُ لِيَظۡلِمَهُمۡ وَلَٰكِن كَانُوٓاْ أَنفُسَهُمۡ يَظۡلِمُونَ ٤٠

hamwe na Firawuni n'abantu biwe Twasomesheje nturi. Imana Allah, ntiyari kubarenganya ngo Ibahanire ivyaha vyakozwe n'abandi; ariko rero, ni uko bari birenganije mu kubangikanya Imana Allah ha kuyisenga ari Imwe Rudende kandi ari Yo Ibabeshejeho.

مَثَلُ ٱلَّذِينَ ٱتَّخَذُواْ مِن دُونِ ٱللَّهِ أَوۡلِيَآءَ كَمَثَلِ ٱلۡعَنكَبُوتِ ٱتَّخَذَتۡ بَيۡتٗاۖ وَإِنَّ أَوۡهَنَ ٱلۡبُيُوتِ لَبَيۡتُ ٱلۡعَنكَبُوتِۚ لَوۡ كَانُواْ يَعۡلَمُونَ ٤١

41. Akarorero k'abantu bigiriye ibigirwamana abahagarikizi babakingira mu gishingo c'Imana Allah, ni nk'ak'igitangurirwa cubatse inzu ngo igikingire, hanyuma ntiyagira ico ikimariye. Burya, inzu ata co yokingira nyene yo, ni inzu y'igitangurirwa. Iyo rero bamenya ko ibigirwamana ata co bibamariye, ntibari kubigira abahagarikizi.

إِنَّ ٱللَّهَ يَعۡلَمُ مَا يَدۡعُونَ مِن دُونِهِۦ مِن شَيۡءٖۚ وَهُوَ ٱلۡعَزِيزُ ٱلۡحَكِيمُ ٤٢

42. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irazi neza ko ivyo bayibangikanya ata na kimwe vyimariye nkeswe kugira ico bibamariye; ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَتِلۡكَ ٱلۡأَمۡثَٰلُ نَضۡرِبُهَا لِلنَّاسِۖ وَمَا يَعۡقِلُهَآ إِلَّا ٱلۡعَٰلِمُونَ ٤٣

43. Ubu burorero rero, ni agace Twebwe Allah Ducira abantu kugira bikebuke, ariko rero nta n'ababutahura ngo banyurwe kiretse abazi Imana Allah, batahura ivyemezo n'amabwirizwa vyayo.

خَلَقَ ٱللَّهُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ بِٱلۡحَقِّۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗ لِّلۡمُؤۡمِنِينَ ٤٤

44. Imana Allah, Yaremye amajuru n'isi mu kuri, kugira mumenye ko hariho Imana Rurema Allah, muheze muyisenge ari Imwe Rudende. Mu vy'ukuri muri iryo remwa ry'amajuru n'isi, ni ukuri harimwo icemezo ku bemeramana, cerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah n'ubumana bwayo.

ٱتۡلُ مَآ أُوحِيَ إِلَيۡكَ مِنَ ٱلۡكِتَٰبِ وَأَقِمِ ٱلصَّلَوٰةَۖ إِنَّ ٱلصَّلَوٰةَ تَنۡهَىٰ عَنِ ٱلۡفَحۡشَآءِ وَٱلۡمُنكَرِۗ وَلَذِكۡرُ ٱللَّهِ أَكۡبَرُۗ وَٱللَّهُ يَعۡلَمُ مَا تَصۡنَعُونَ ٤٥

45. Ntumwa y'Imana! Soma ivyo wahishuriwe muri Qor'ani uheze ubigendere; utsimbataze n'isengesho rikwije ibisabwa ku mwanya waryo; mu vy'ukuri, itsimbatazwa ry'isengesho rikwije ibisabwa, rikingira umuntu kugwa mu bicumuro n'ivyaha[1]; ni ukuri, itazira n'ininahazamana mw'isengesho no mu bindi bihe, rirahambaye cane gusumba vyose. Burya Imana Allah, Irazi neza ivyo mukora; vyaba vyiza canke bibi, Izobibahembera.

۞وَلَا تُجَٰدِلُوٓاْ أَهۡلَ ٱلۡكِتَٰبِ إِلَّا بِٱلَّتِي هِيَ أَحۡسَنُ إِلَّا ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ مِنۡهُمۡۖ وَقُولُوٓاْ ءَامَنَّا بِٱلَّذِيٓ أُنزِلَ إِلَيۡنَا وَأُنزِلَ إِلَيۡكُمۡ وَإِلَٰهُنَا وَإِلَٰهُكُمۡ وَٰحِدٞ وَنَحۡنُ لَهُۥ مُسۡلِمُونَ ٤٦

46. Bemeramana! Ntimugaharire n'abahawe Igitabu mu bayahudi n'abanaswara ku bijanye no kwemera, kiretse mukoresheje amajambo abereye n'impanuro nziza vyotuma bahurumbira ukuri, maze mugahanahana mu rupfasoni. Ariko ku birenganije muri bo mu guhonyanga ukuri bakabarwanya, abo muraheza mubivune mwivuye inyuma, mubarwanye canke batange ku nabi ku neza ikori basuzuguritse. Murababwira muti: "Twaremeye Qor'ani twamanuriwe, twemera na Tawurati n'Injili mwamanuriwe,

[1] Kuko isengesho rikwije ibisabwa risengewe ku mwanya waryo, ryeza umutima, rikongerereza umuntu ukwemera no guhurumbira ivyiza.

Imana yacu n'Imana yanyu rero, ni Imwe Rurende Allah Itabangikanywa na kimwe mu bumana bwayo, mu bubungabunzi bw'ibiremwa, mu mazina hamwe n'amatazirano yayo, kandi na twe turicishije bugufi kuri Yo, turi abislamu".

وَكَذَٰلِكَ أَنزَلْنَآ إِلَيْكَ ٱلْكِتَٰبَ ۚ فَٱلَّذِينَ ءَاتَيْنَٰهُمُ ٱلْكِتَٰبَ يُؤْمِنُونَ بِهِۦ ۖ وَمِنْ هَٰٓؤُلَآءِ مَن يُؤْمِنُ بِهِۦ ۚ وَمَا يَجْحَدُ بِـَٔايَٰتِنَآ إِلَّا ٱلْكَٰفِرُونَ ﴿٤٧﴾

47. Ntumwa y'Imana! Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twamanuriye Intumwa zo hambere yawe Ibitabu - Twakumanuriye iki Gitabu ca Qor'ani gishimangira ukuri kuri muri vyo. Abo rero Twahaye Igitabu muri Bene Israyeli bakagitahura ukuri kwamye, baremera Qor'ani; no muri aba Barabu b'Abakorayishi no mu bandi bantu, harimwo abayemera; nta n'uwuhakana Qor'ani yivuye inyuma canke ngo agire amakenga mu vyemezo vyayo, kiretse abagarariji ruhebwa.

وَمَا كُنتَ تَتْلُواْ مِن قَبْلِهِۦ مِن كِتَٰبٍ وَلَا تَخُطُّهُۥ بِيَمِينِكَ ۖ إِذًا لَّٱرْتَابَ ٱلْمُبْطِلُونَ ﴿٤٨﴾

48. Ntumwa y'Imana! No mu vyemeza ko uri Intumwa vy'ukuri, ni uko utigeze usoma igitabu canke ngo wandikishe iminwe yawe n'urudome na rumwe imbere yuko uhishurirwa Qor'ani. Iyo biba bitari ukwo, abahakanyi bari guheza bakagira amakenga ko Qor'ani wayize canke wayabuye mu Bitabu vyo hambere yawe.

بَلْ هُوَ ءَايَٰتٌۢ بَيِّنَٰتٌ فِى صُدُورِ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلْعِلْمَ ۚ وَمَا يَجْحَدُ بِـَٔايَٰتِنَآ إِلَّا ٱلظَّٰلِمُونَ ﴿٤٩﴾

49. Ahubwo rero Qor'ani, ni Aayah zitomoye zigaragaza ukuri, ziri mu mishaha y'abahawe ubumenyi, nta n'uwuhakana Qor'ani canke ngo agire amakenga mu vyemezo vyayo, kiretse abirenganije mu guhonyanga ukuri kandi bakuzi.

وَقَالُواْ لَوْلَآ أُنزِلَ عَلَيْهِ ءَايَٰتٌ مِّن رَّبِّهِۦ ۖ قُلْ إِنَّمَا ٱلْـَٔايَٰتُ عِندَ ٱللَّهِ وَإِنَّمَآ أَنَا۠ نَذِيرٌ مُّبِينٌ ﴿٥٠﴾

50. Ababangikanyamana bavuze ku kagagazo bati: "Mbega uyo Muhamadi, ntiyari gupfuma amanurirwa n'Imana yiwe Rurema Allah igitangaro gifadika cemeza ukuri kwiwe; nk'inkoni yahawe Musa, canke ingamiya yururukirijwe Swalehe!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Ni ukuri, ubushobozi n'igihe co kumanurirako ibitangaro, ni ivy'Imana Allah. Ni ukuri jewe, ndi Umugabisha atomoye gusa ku bihano vyayo".

أَوَلَمْ يَكْفِهِمْ أَنَّآ أَنزَلْنَا عَلَيْكَ ٱلْكِتَٰبَ يُتْلَىٰ عَلَيْهِمْ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَرَحْمَةً وَذِكْرَىٰ لِقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ ﴿٥١﴾

51. Ntumwa y'Imana! Burya ababangikanyamana ku kuntu bakuzi ko uri imvugakuri, bari bakwiye kwemera mu vy'ukuri, ko Twakumanuriye Igitabu ca Qor'ani ubasomera! Mu vy'ukuri muri iyi Qor'ani harimwo impuhwe ku bemeramana, mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa; harimwo n'urwibutso rutuma bama bagavye.

قُلْ كَفَىٰ بِٱللَّهِ بَيْنِى وَبَيْنَكُمْ شَهِيدًا ۖ يَعْلَمُ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۗ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ بِٱلْبَٰطِلِ وَكَفَرُواْ بِٱللَّهِ أُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْخَٰسِرُونَ ﴿٥٢﴾

52. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Imana Allah Irakwiye kuba Icabona hagati yanje na mwe ko ndi Intumwa vy'ukuri, n'uko muhakana ku kugarariza gusa; Irazi ibiri mu majuru no mw'isi, nta na kimwe muri vyo kiyinyegeje". Abemeye rero ikinyoma bakagarariza

Imana Allah, abo ni bo rero bahomvye mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa.

53. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana bihutira gusaba ku gutebura ko wobasabira ibihano. Iyo Imana Allah Itagena isango ntarengwa ryo kubahana kw'isi, bari gushikirwa n'ivyo bihano bisabira. Ni ukuri, ivyo bihano bizobashikira giturumbuka ata n'ivyo biteguriye.

وَيَسْتَعْجِلُونَكَ بِٱلْعَذَابِ وَلَوْلَآ أَجَلٌ مُّسَمًّى لَّجَآءَهُمُ ٱلْعَذَابُ ۚ وَلَيَأْتِيَنَّهُم بَغْتَةً وَهُمْ لَا يَشْعُرُونَ ﴿٥٣﴾

54. Bihutira gusaba ko wobasabira ibihano bagahanwa bakiri kw'isi. Ntibarinde guhogora, bitebe bitebuke, ivyo bihano bitegerezwa kubashikira, haba kw'isi canke mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Mu vy'ukuri ibihano vyo mu muriro wa Jahannamu, ni ukuri bizokikuza abagarariji ata buhungiro;

يَسْتَعْجِلُونَكَ بِٱلْعَذَابِ وَإِنَّ جَهَنَّمَ لَمُحِيطَةٌۢ بِٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٥٤﴾

55. Umusi bahwikiwe n'ibihano muri nya muriro ku mpande zose, maze ukabanyengetera guhera ku mutwe gushika musi y'ibirenge, Imana Allah Izobabwira Iti: "Nimuhonje rero indishi y'ivyo mwari mwarakoze kw'isi".

يَوْمَ يَغْشَىٰهُمُ ٱلْعَذَابُ مِن فَوْقِهِمْ وَمِن تَحْتِ أَرْجُلِهِمْ وَيَقُولُ ذُوقُوا۟ مَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٥٥﴾

56. Emwe baja banje bemeye! Nimutaronka isaganirizo ryo kurarikira ukwemera no gusenga Imana Imwe Rudende Allah, muraheza mwimukire ahandi mwokworoherwa kubikora, kuko mu vy'ukuri isi yanje iragutse, muheze rero munyiyegereze mwisanzuye mu kunsenga Ndi Imana Imwe Rudende mutambangikanya.

يَٰعِبَادِىَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ إِنَّ أَرْضِى وَٰسِعَةٌ فَإِيَّٰىَ فَٱعْبُدُونِ ﴿٥٦﴾

57. Zina-kiremwa cose gifise ubuzima, kizohonja urupfu; hanyuma muheze musubizwe iwacu Twebwe Allah, kugira muhemberwe ivyo mwakoze.

كُلُّ نَفْسٍ ذَآئِقَةُ ٱلْمَوْتِ ۖ ثُمَّ إِلَيْنَا تُرْجَعُونَ ﴿٥٧﴾

58. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakanakora n'ivyiza bitegetswe, ni ukuri Tuzobaha ikaze mu Bwami bw'ijuru mu vyumba vy'iteka, musi yavyo hatemba inzuzi, bazobibamwo ibihe bidahera. Iyo rero, ni yo ndishi nziza ibereye abagamburukiramana;

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَنُبَوِّئَنَّهُم مِّنَ ٱلْجَنَّةِ غُرَفًا تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا ۚ نِعْمَ أَجْرُ ٱلْعَٰمِلِينَ ﴿٥٨﴾

59. Abihanganiye gusenga Imana Allah bagatsimbatara ku kwemera kwabo, bakishimikiza Imana yabo Rurema Allah bakayizera mu kurondera ibibabeshaho, no mu guharanira idini ryayo.

ٱلَّذِينَ صَبَرُوا۟ وَعَلَىٰ رَبِّهِمْ يَتَوَكَّلُونَ ﴿٥٩﴾

60. Hari ibiremwa vyinshi bigendagenda kw'isi, bidashoboye kwiziganiriza ibibibeshaho nk'uko mwene Adamu abigenza, Imana Allah Igaheza Ikabibeshaho nka kurya nyene Ibabeshejeho; ni na Yo Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo mukora n'ivyo muzirikana.

وَكَأَيِّن مِّن دَآبَّةٍ لَّا تَحْمِلُ رِزْقَهَا ٱللَّهُ يَرْزُقُهَا وَإِيَّاكُمْ ۖ وَهُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْعَلِيمُ ﴿٦٠﴾

61. Ntumwa y'Imana! Niwabaza ababangikanyamana uti: "Ni nde Yaremye amajuru n'isi Akabiringaniza, Akagira

وَلَئِن سَأَلْتَهُم مَّنْ خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ

izuba n'ukwezi ku neza y'ibiremwa?". Bazokwishura ata guhigimanga bavuga bati: "Ni Imana Allah Yabiremye". None ni gute bayibangikanya ha kuyisenga ari Imwe Rudende!

وَٱلْأَرْضَ وَسَخَّرَ ٱلشَّمْسَ وَٱلْقَمَرَ لَيَقُولُنَّ ٱللَّهُ ۖ فَأَنَّىٰ يُؤْفَكُونَ ﴿٦١﴾

62. Imana Allah Ironsa uwo Ishatse mu biremwa vyayo umusesekara w'ibimubeshaho, Ikanagerera uwo Ishatse muri vyo. Mu vy'ukuri Imana Allah, ikintu cose mukoze Irakizi, ni Nyenubumenyikurivyose, Izobibahembera.

ٱللَّهُ يَبْسُطُ ٱلرِّزْقَ لِمَن يَشَآءُ مِنْ عِبَادِهِۦ وَيَقْدِرُ لَهُۥٓ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ بِكُلِّ شَىْءٍ عَلِيمٌ ﴿٦٢﴾

63. Niwanababaza kandi uti: "Ni nde Yatumye imvura igwa ivuye mu bicu izananye mu kirere, maze Akanagisha ibiterwa n'ivyimeza kw'isi hakoreshejwe amazi y'imvura, inyuma y'igaduka no gucika ubukumbagare kw'isi?". Bazokwishura ata guhigimanga bati: "Ni Imana Allah Yabigize". Ntumwa y'Imana! Vuga rero uti: "Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, Igaragaza ivyemezo bituma ababangikanyamana ubwanwa bupfuka umunwa"; ahubwo rero, abenshi muri bo ntibatahura inkurikizi z'ibangikanyamana, ngo baheze basenge Imana Imwe Rudende Allah batayibangikanya.

وَلَئِن سَأَلْتَهُم مَّن نَّزَّلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَأَحْيَا بِهِ ٱلْأَرْضَ مِنۢ بَعْدِ مَوْتِهَا لَيَقُولُنَّ ٱللَّهُ ۚ قُلِ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ ۚ بَلْ أَكْثَرُهُمْ لَا يَعْقِلُونَ ﴿٦٣﴾

64. Ubuzima bwo kw'isi kenshi na kenshi si ikindi, kiretse ko ari ubusamazi n'ubufyinyi biterwa n'ibihendamaso vyayo. Mu vy'ukuri ubuzima bw'inyuma yo gupfa, ni ukuri ni bwo bwamaho, ntibwigera bushira. Iyo rero abantu bamenya ivyo, ntibari kwigura ubuzima bwo kw'isi, ahubwo bari guhitamwo ubuzima bw'inyuma yo gupfa.

وَمَا هَٰذِهِ ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَآ إِلَّا لَهْوٌ وَلَعِبٌ ۚ وَإِنَّ ٱلدَّارَ ٱلْءَاخِرَةَ لَهِىَ ٱلْحَيَوَانُ ۚ لَوْ كَانُوا۟ يَعْلَمُونَ ﴿٦٤﴾

65. Iyo abagarariji bari mu bwato buri mw'ibahari, bagaterwa n'imikuba bagatinya gutwarwa, baca biyegereza Imana Allah bakayisaba Yo Yonyene ko Ibarokora; Imaze rero kubarokora bagashika imusozi amahoro, baca basubira kuyibangikanya;

فَإِذَا رَكِبُوا۟ فِى ٱلْفُلْكِ دَعَوُا۟ ٱللَّهَ مُخْلِصِينَ لَهُ ٱلدِّينَ فَلَمَّا نَجَّىٰهُمْ إِلَى ٱلْبَرِّ إِذَا هُمْ يُشْرِكُونَ ﴿٦٥﴾

66. Gutyo inyuma y'iryo rokorwa, bakagarariza mu kwihakana bivuye inyuma inema Twebwe Allah Twabahaye, bakaryoherwa n'ivy'isi. Bitebe bitebuke, bazomenya ko ibikorwa vyabo vyabaye impfagusa, igihe babonye ibihano bategekanirijwe ku musi w'izuka.

لِيَكْفُرُوا۟ بِمَآ ءَاتَيْنَٰهُمْ وَلِيَتَمَتَّعُوا۟ ۖ فَسَوْفَ يَعْلَمُونَ ﴿٦٦﴾

67. Mbega abagarariji b'i Makka ntibabonye ko Twebwe Allah, Twabagiriye igisagara ca Makka kuba ahantu hatagatifu hatekanye; kizira ko hagira uwuhicirwa canke ngo ahamburirwe utwiwe, mu gihe abantu baba mu turere dukikuje ico gisagara badatekaniwe, kuko bamburwa utwabo bakanicwa izuba riva, ata camira! Karashize ingani rero hamwe n'iteka n'itekane bahawe n'Imana Allah, bemere ibangikanyamana, bihakane bivuye inyuma inema Yabahaye mu kutayemera ngo bayisenge ari Imwe Rudende!

أَوَلَمْ يَرَوْا۟ أَنَّا جَعَلْنَا حَرَمًا ءَامِنًا وَيُتَخَطَّفُ ٱلنَّاسُ مِنْ حَوْلِهِمْ ۚ أَفَبِٱلْبَٰطِلِ يُؤْمِنُونَ وَبِنِعْمَةِ ٱللَّهِ يَكْفُرُونَ ﴿٦٧﴾

68. Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah, canke uwuhakana yivuye inyuma ukuri kwarungikanwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) igihe kumushikiriye. Ni ukuri mu muriro wa Jahannamu, ni ho hari icumbi ry'abagarariji.

وَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّنِ ٱفْتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا أَوْ كَذَّبَ بِٱلْحَقِّ لَمَّا جَآءَهُۥٓ ۚ أَلَيْسَ فِى جَهَنَّمَ مَثْوًى لِّلْكَٰفِرِينَ ﴿٦٨﴾

69. Abemeramana baduharaniye Twebwe Allah mu guhangana n'abansi bacu, bakarwanya ivyipfuzo vyabo, bakirinda n'inyoshambi za shetani, bagaheza bakihanganira n'igeragezwa mu buzima bwabo, maze ivyo vyose bakabigira ku bwacu Twebwe Allah, nta nkeka ko Tuzobarongora mu nzira yo gukora ivyiza, Tunabatsimbataze ku kuri. Burya Imana Allah, ni ukuri Yamye Iri kumwe n'abagwaneza mu kubabungabunga, mu kubarongora, mu kubatabara no mu kubatera intege.

وَٱلَّذِينَ جَٰهَدُوا۟ فِينَا لَنَهْدِيَنَّهُمْ سُبُلَنَا ۚ وَإِنَّ ٱللَّهَ لَمَعَ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٦٩﴾

30. Ar-Ruum (Abaromani)
Aayah 60, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Alif Laam Miim[1].

الٓمٓ ﴿١﴾

2. Abafursi baranesheje Abaromani mu rugamba rwabahuje;

غُلِبَتِ ٱلرُّومُ ﴿٢﴾

3. Urugamba rwabereye muri Shaamu ahegereye igihugu c'Abafursi. Bitebe bitebuke rero, Abaromani bazonesha Abafursi;

فِىٓ أَدْنَى ٱلْأَرْضِ وَهُم مِّنۢ بَعْدِ غَلَبِهِمْ سَيَغْلِبُونَ ﴿٣﴾

4. Mu kiringo kiri hagati y'imyaka itatu n'imyaka cumi. Ubushobozi bw'ishirwa mu ngiro bw'ingingo yose, ni ubw'Imana Allah, haba imbere y'intsinzi y'Abaromani canke inyuma y'aho. Umusi rero Abaromani banesheje Abafursi, abemeramana akamwemwe kazobasya;

فِى بِضْعِ سِنِينَ ۗ لِلَّهِ ٱلْأَمْرُ مِن قَبْلُ وَمِنۢ بَعْدُ ۚ وَيَوْمَئِذٍ يَفْرَحُ ٱلْمُؤْمِنُونَ ﴿٤﴾

5. Kubera iyo ntsinzi Imana Allah Yahaye Abaromani bakanesha Abafursi. Burya Imana Allah, Itabara uwo Ishatse agatsinda, Igatetereza uwo Ishatse agatsindwa; ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo[2].

بِنَصْرِ ٱللَّهِ ۚ يَنصُرُ مَن يَشَآءُ ۖ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ﴿٥﴾

6. Ni isezerano Imana Allah Yahaye abemeramana, ko Abaromani b'abanaswara bazonesha Abafursi b'ababangikanyamana, kandi Imana Allah ntiyivuguruza

وَعْدَ ٱللَّهِ ۖ لَا يُخْلِفُ ٱللَّهُ وَعْدَهُۥ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٦﴾

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.
[2] Ivyo rero vyabaye haciye ikiringo c'imyaka indwi kuva aho Abaromani banesherejwe n'Abafursi, maze Abaromani baranesha Abafursi, abislamu na bo baraheza banezerezwa n'iyo ntsinzi y'Abaromani kuko bari mu bahawe Igitabu, n'aho vyashitse bakagihindagura.

kw'isezerano; ariko rero abenshi mu bagarariji b'i Makka, ntibazi ko isezerano ry'Imana Allah ari ukuri;

يَعۡلَمُونَ ظَٰهِرٗا مِّنَ ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَا وَهُمۡ عَنِ ٱلۡأٓخِرَةِ هُمۡ غَٰفِلُونَ ٧

7. Bazi gusa ivyo babona n'amaso mu buzima bwo kw'isi, nayo ku vyerekeye ubuzima bw'inyuma yo gupfa, ntibanabwiyumvira, baragoswe pe!

أَوَلَمۡ يَتَفَكَّرُواْ فِيٓ أَنفُسِهِمۗ مَّا خَلَقَ ٱللَّهُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ وَمَا بَيۡنَهُمَآ إِلَّا بِٱلۡحَقِّ وَأَجَلٖ مُّسَمّٗىۗ وَإِنَّ كَثِيرٗا مِّنَ ٱلنَّاسِ بِلِقَآيِٕ رَبِّهِمۡ لَكَٰفِرُونَ ٨

8. Mbega abahakana bivuye inyuma Intumwa z'Imana, bakanahakana bivuye inyuma ko bazohura n'Imana Allah, ntibiyumvira kw'iremwa ryabo! Burya Imana Allah, ntiyaremye amajuru n'isi hamwe n'ibiri hagati yavyo, kiretse ko Yabiremye mu kuri ku gushinga ingingo y'indishi ku ciza canke ku kibi, ingingo ishingiye ku butungane bw'Imana Imwe Rurema Allah, no kugira habe isango ntarengwa ry'umuzo w'umusi w'umuhero w'isi! Mu vy'ukuri abenshi mu bantu, baragarariza ku bujuju, bagahakana bivuye inyuma ko bazohura n'Imana yabo Rurema Allah.

أَوَلَمۡ يَسِيرُواْ فِي ٱلۡأَرۡضِ فَيَنظُرُواْ كَيۡفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِمۡۚ كَانُوٓاْ أَشَدَّ مِنۡهُمۡ قُوَّةٗ وَأَثَارُواْ ٱلۡأَرۡضَ وَعَمَرُوهَآ أَكۡثَرَ مِمَّا عَمَرُوهَا وَجَآءَتۡهُمۡ رُسُلُهُم بِٱلۡبَيِّنَٰتِۖ فَمَا كَانَ ٱللَّهُ لِيَظۡلِمَهُمۡ وَلَٰكِن كَانُوٓاْ أَنفُسَهُمۡ يَظۡلِمُونَ ٩

9. Mbega abahakanyi batigera bemera ko hariho ubuzima bw'inyuma yo gupfa, ntibaragendagenda kw'isi ngo birabire ukuntu iherezo ry'abahakanyi b'aho hambere yabo ryagenze[1]! Bari n'abantu bafise inguvu nyinshi kubarusha, bashoboye no kuryoherwa n'ubuzima bw'isi mu kurima bakimbura, no mu kwubaka inyubakwa babamwo z'akaroruhore gusumba uko abahakanyi b'i Makka babayeho. Intumwa zabo rero, zaje zibazaniye ivyemezo bigaragara maze barazihakana bivuye inyuma, Imana Allah Ica Irabahonya. Imana Allah rero, ntiyigeze Ibarenganya kuri iryo honywa ryabo, ariko ni bo birenganije mu kuyibangikanya Ica Irabahana;

ثُمَّ كَانَ عَٰقِبَةَ ٱلَّذِينَ أَسَٰٓـُٔواْ ٱلسُّوٓأَىٰٓ أَن كَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَكَانُواْ بِهَا يَسۡتَهۡزِءُونَ ١٠

10. Hanyuma iherezo ry'inkozi z'ikibi mu bagarariji, ryabaye ribi cane ku kubera ukuntu bahakana bivuye inyuma Imana Allah na Aayah zayo Yarungikanye Intumwa, baranaziteburako.

ٱللَّهُ يَبۡدَؤُاْ ٱلۡخَلۡقَ ثُمَّ يُعِيدُهُۥ ثُمَّ إِلَيۡهِ تُرۡجَعُونَ ١١

11. Imana Allah, ni Yo ubwayo Yatanguye kurema ibiremwa vyose ata co Irinze gufatirako, ni na Yo Izoshobora no gusubira kubirema bushasha nivyazuka kandi vyaramaze guhona; hanyuma rero, ni no kuri Yo muzosubizwa kugira muhemberwe ivyo mwakoze.

وَيَوۡمَ تَقُومُ ٱلسَّاعَةُ يُبۡلِسُ ٱلۡمُجۡرِمُونَ ١٢

12. N'igihe umuhero w'isi wageze, abanyavyaha barenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, bazokwihebura ko batarokoka mu bihano, maze bijirirwe.

وَلَمۡ يَكُن لَّهُم مِّن شُرَكَآئِهِمۡ شُفَعَٰٓؤُاْ وَكَانُواْ بِشُرَكَآئِهِمۡ كَٰفِرِينَ ١٣

13. Ababangikanyamana kuri uwo musi rero, ntibazoronka ababavugira mu bigirwamana bahora basenga mu gishingo c'Imana Allah, mbere na nya bigirwamana bizobigarama na bo nyene bavyihakane.

---

[1] Nka Bene Aadi na Bene Thamuudi.

14. Igihe rero umuhero w'isi wageze, maze abantu bagaharurirwa ivyo bakoze, kuri uwo musi abemeramana bazoshirwa ukwabo, abagarariji na bo nyene bashirwe ukwabo;

وَيَوْمَ تَقُومُ ٱلسَّاعَةُ يَوْمَئِذٍ يَتَفَرَّقُونَ ﴿١٤﴾

15. Abemeye Imana Allah n'Intumwa zayo bakanakora n'ivyiza bitegetswe, bazoja mu Bwami bw'ijuru, baheze bazimanwe ivy'akaroruhore.

فَأَمَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ فَهُمْ فِي رَوْضَةٍ يُحْبَرُونَ ﴿١٥﴾

16. Nayo abagararije Imana Allah bagahakana bivuye inyuma ivyo bazaniwe n'Intumwa, bakanamirira kure ko bazohura n'Imana Allah mu buzima bw'inyuma yo gupfa, abo bazoheza bashirwe mu bihano vyamaho.

وَأَمَّا ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَكَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَا وَلِقَآءِ ٱلْأَخِرَةِ فَأُوْلَٰٓئِكَ فِي ٱلْعَذَابِ مُحْضَرُونَ ﴿١٦﴾

17. Bemeramana! Nimutazire mwongere muninahaze Imana Allah[1] umugoroba n'igitondo; mw'isengesho ryo ku kirengazuba n'iryo ku mugoroba, hamwe rero no mw'isengesho ryo mu mutwenzi.

فَسُبْحَٰنَ ٱللَّهِ حِينَ تُمْسُونَ وَحِينَ تُصْبِحُونَ ﴿١٧﴾

18. Ni na Yo Nyenishimagizwa mu majuru no kw'isi, ijoro n'umurango.

وَلَهُ ٱلْحَمْدُ فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَعَشِيًّا وَحِينَ تُظْهِرُونَ ﴿١٨﴾

19. Imana Allah Irema kizima mu capfuye[2], Igakura icapfuye muri kizima[3], Igaheza Igatotahaza n'isi inyuma yo kugaduka. Bantu! Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Isubiza ubuzima ivyo - Izobasubiza ubuzima, maze mukazuka mukava mu kuzimu kugira muharurirwe ku vyo mwakoze.

يُخْرِجُ ٱلْحَىَّ مِنَ ٱلْمَيِّتِ وَيُخْرِجُ ٱلْمَيِّتَ مِنَ ٱلْحَيِّ وَيُحْيِ ٱلْأَرْضَ بَعْدَ مَوْتِهَا ۚ وَكَذَٰلِكَ تُخْرَجُونَ ﴿١٩﴾

20. Biri mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah Ishoboye, kuba Yaremye mw'ivu inkomoko yanyu akaba na so wanyu Adamu, hanyuma murarondoka muba abantu baremwe mw'ima ry'intanga, muraheza murakwiragira kw'isi murondera icobabeshaho.

وَمِنْ ءَايَٰتِهِۦٓ أَنْ خَلَقَكُم مِّن تُرَابٍ ثُمَّ إِذَآ أَنتُم بَشَرٌ تَنتَشِرُونَ ﴿٢٠﴾

21. Biri no mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah Ishoboye, kuba Yarabaremeye abakenyezi mu nkomoko yanyu nyene ya kiremwa-muntu, kugira mugire ituze muri kumwe na bo, Iraheza Ishira hagati y'umugabo n'umukenyezi wiwe umutima w'impuhwe n'urukundo pfampfe. Muri ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo bigaragara vyotuma abantu biyumvira, bikebuka bagatahura ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah.

وَمِنْ ءَايَٰتِهِۦٓ أَنْ خَلَقَ لَكُم مِّنْ أَنفُسِكُمْ أَزْوَٰجًا لِّتَسْكُنُوٓاْ إِلَيْهَا وَجَعَلَ بَيْنَكُم مَّوَدَّةً وَرَحْمَةً ۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يَتَفَكَّرُونَ ﴿٢١﴾

22. Biri no mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah Ishoboye, kurema amajuru ahanitse ata nkingi ziyafashe; kurema isi yagutse ingana amahanga no kurema indimi n'amabara vyanyu bitandukanye. Mu vy'ukuri muri ivyo

وَمِنْ ءَايَٰتِهِۦ خَلْقُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَٱخْتِلَٰفُ أَلْسِنَتِكُمْ وَأَلْوَٰنِكُمْ ۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّلْعَٰلِمِينَ ﴿٢٢﴾

[1] Itigeze Igira ikintu na kimwe kibangikanije na Yo, Itigeneye umugore canke umwana.
[2] Nko kurema umuntu canke igikoko mu ntanga, no kurema inyoni mu rigi.
[3] Nko kurema intanga mu muntu canke mu gikoko, no kurema irigi mu nyoni.

vyose, ni ukuri harimwo ivyemezo vyotuma abantu b'incabwenge bikebuka, maze bakamenya ubushobozi bw'Imana Allah mu kurema.

23. Biri no mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah Ishoboye, kubagirira ukuryama mw'ijoro kuba ari akaryo keza ko kuruhuka, no kubagirira umurango kuba ari akaryo ko kurondera icobabeshaho mu mpano zayo. Muri ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo bigaragara vyotuma abantu bumva, bategera bakamenya ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah mu gutunganiriza ibiremwa.

وَمِنْ ءَايَٰتِهِۦ مَنَامُكُم بِٱلَّيْلِ وَٱلنَّهَارِ وَٱبْتِغَآؤُكُم مِّن فَضْلِهِۦٓ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يَسْمَعُونَ ﴿٢٣﴾

24. Biri no mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah Ishoboye, kuba Ibereka imiravyo mugaheza mugatinya gukubitwa n'inkuba, mukizera no kuronka akavura, Igatuma rero hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, Igaheza Igatotahaza isi inyuma yo kugaduka hakoreshejwe amazi ya nya mvura. Mu vy'ukuri muri ivyo vyose, ni ukuri harimwo ivyemezo vyotuma abantu b'abanyabwenge bategera bakikebuka, maze bakamenya ububasha n'ubugwaneza vy'Imana Allah.

وَمِنْ ءَايَٰتِهِۦ يُرِيكُمُ ٱلْبَرْقَ خَوْفًا وَطَمَعًا وَيُنَزِّلُ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَيُحْىِۦ بِهِ ٱلْأَرْضَ بَعْدَ مَوْتِهَآ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يَعْقِلُونَ ﴿٢٤﴾

25. Biri no mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah Ishoboye, kuba ijuru hamwe n'isi bibungabunzwe kw'itegeko ryayo[1], hanyuma niyabahamagara ku musi w'izuka, ubwo nyene mwese muzovunduruka muzuka muva mu kuzimu.

وَمِنْ ءَايَٰتِهِۦٓ أَن تَقُومَ ٱلسَّمَآءُ وَٱلْأَرْضُ بِأَمْرِهِۦ ۚ ثُمَّ إِذَا دَعَاكُمْ دَعْوَةً مِّنَ ٱلْأَرْضِ إِذَآ أَنتُمْ تَخْرُجُونَ ﴿٢٥﴾

26. Ni Yo Mugabe w'ibiremwa vyose, ibiri mu majuru no mw'isi n'ibiri hagati yavyo[2], vyose biricisha bugufi bikubahiriza itegeko ryayo.

وَلَهُۥ مَن فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۖ كُلٌّ لَّهُۥ قَٰنِتُونَ ﴿٢٦﴾

27. Ni na Yo Yaremye ibiremwa ata co Irinze gufatirako, hanyuma Ikazosubira kubirema bushasha nivyazuka kandi vyaramaze guhona. Iryo remwa bushasha ry'icahonye, riroroshe cane ku Mana Allah kuruta iremwa ry'ikitari bwabeho. Ni Yo rero Iyagwa neza mu majuru no mw'isi mu buryo buberanye n'icubahiro cayo kuko ntitangwako akarorero. Ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَهُوَ ٱلَّذِى يَبْدَؤُا۟ ٱلْخَلْقَ ثُمَّ يُعِيدُهُۥ وَهُوَ أَهْوَنُ عَلَيْهِ ۚ وَلَهُ ٱلْمَثَلُ ٱلْأَعْلَىٰ فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٢٧﴾

28. Babangikanyamana! Imana Allah Yarabaciriye agace Ifatiye kuri mwebwe nyene; mbega burya mwokwemera ko mugira mu bo mugaba mukaganza, abo musangira ivyo Twebwe Allah Twabaronkeje, maze mwese mukabigirako ububasha bungana, mugatinya abo mugaba mukaganza ko bobibaganzako nka kurya mutinya abigenga nkamwe

ضَرَبَ لَكُم مَّثَلًا مِّنْ أَنفُسِكُمْ ۖ هَل لَّكُم مِّن مَّا مَلَكَتْ أَيْمَٰنُكُم مِّن شُرَكَآءَ فِى مَا رَزَقْنَٰكُمْ فَأَنتُمْ فِيهِ سَوَآءٌ تَخَافُونَهُمْ كَخِيفَتِكُمْ أَنفُسَكُمْ ۚ كَذَٰلِكَ نُفَصِّلُ ٱلْءَايَٰتِ لِقَوْمٍ يَعْقِلُونَ ﴿٢٨﴾

[1] Mu kuba isi idahungabanya abayibako, no mu kuba ijuru ritagwa kw'isi.
[2] Ibinyabuzima n'ibitari ibinyabuzima.

ko bobibaganzako[1]! Ni nk'ukwo nyene rero Twebwe Allah Dutomorera ivyemezo vyacu abantu biyumvira bagaheza bagatahura icobagirira akamaro kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

بَلِ ٱتَّبَعَ ٱلَّذِينَ ظَلَمُوٓاْ أَهۡوَآءَهُم بِغَيۡرِ عِلۡمٖۖ فَمَن يَهۡدِي مَنۡ أَضَلَّ ٱللَّهُۖ وَمَا لَهُم مِّن نَّٰصِرِينَ ٢٩

29. Ahubwo rero abirenganije mw'ibangikanyamana, bakurikiye ivyipfuzo vyabo ata n'ubumenyi bafise ku kwigana ubuhuvyi bwa ba se. Burya, nta woshobora kurongora abo Imana Allah Yaretse bagahuba ku bugaba bwabo. Abo rero, ntibazoronka mw'isi yose uwubatabara mu kubakingira ibihano vy'Imana Allah.

فَأَقِمۡ وَجۡهَكَ لِلدِّينِ حَنِيفٗاۚ فِطۡرَتَ ٱللَّهِ ٱلَّتِي فَطَرَ ٱلنَّاسَ عَلَيۡهَاۚ لَا تَبۡدِيلَ لِخَلۡقِ ٱللَّهِۚ ذَٰلِكَ ٱلدِّينُ ٱلۡقَيِّمُ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعۡلَمُونَ ٣٠

30. Ntumwa y'Imana! Tumbera Imana Allah, uheze ushishikare wewe hamwe n'abagukurikiye mu kwubahiriza idini ry'ubwislamu rishingiye ku kwemera Imana Imwe Rudende Allah. Ukwemera-ndemanwa, Imana Allah Yaremeye abantu, nta cohindura ukwemera-ndemanwa kw'Imana Allah, ni na ryo dini rigororotse rishimwa n'Imana Allah; ariko rero abenshi mu bantu, ntibazi ico wategetswe gukurikira ko ari ryo dini ry'ukuri ry'Imana Allah.

۞مُنِيبِينَ إِلَيۡهِ وَٱتَّقُوهُ وَأَقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَلَا تَكُونُواْ مِنَ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ٣١

31. Muraheza rero mube abigaya kuri Yo, munayigamburukire mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, mutsimbataze n'isengesho rikwije ibisabwa, kandi ntimukabe mu babangikanyamana;

مِنَ ٱلَّذِينَ فَرَّقُواْ دِينَهُمۡ وَكَانُواْ شِيَعٗاۖ كُلُّ حِزۡبِۭ بِمَا لَدَيۡهِمۡ فَرِحُونَ ٣٢

32. Mu biciyemwo utugwitugwi mw'idini ryabo, baraheza bubahiriza amwe mu mabwirizwa y'Imana Allah, bahakana bivuye inyuma ayandi bisunze ivyipfuzo vyabo, gutyo haduka utudumbidumbi twisunga ingingo z'abaturongoye, buri kagwi kose muri two kishimira ivyiyumviro vyako gusa.

وَإِذَا مَسَّ ٱلنَّاسَ ضُرّٞ دَعَوۡاْ رَبَّهُم مُّنِيبِينَ إِلَيۡهِ ثُمَّ إِذَآ أَذَاقَهُم مِّنۡهُ رَحۡمَةً إِذَا فَرِيقٞ مِّنۡهُم بِرَبِّهِمۡ يُشۡرِكُونَ ٣٣

33. Iyo abantu bakozweko n'ivyago, baca basaba Imana yabo Rurema Allah bayitakambira ngo Ibibakureko; maze Yamara kubibakurako ku mpuhwe zayo, muri bo hakavamwo umugwi uca usubira kandi mw'ibangikanyamana;

لِيَكۡفُرُواْ بِمَآ ءَاتَيۡنَٰهُمۡۚ فَتَمَتَّعُواْ فَسَوۡفَ تَعۡلَمُونَ ٣٤

34. Gutyo inyuma y'ikurwako rya nya vyago bakagarariza mu guhakana inema Twebwe Allah Twabahaye. Babangikanyamana! Nimuryoherwe rero mwidagadure gato mu buzima bwo kw'isi, muzoheza mumenye ibihano mutegekanirijwe ku musi w'izuka.

أَمۡ أَنزَلۡنَا عَلَيۡهِمۡ سُلۡطَٰنٗا فَهُوَ يَتَكَلَّمُ بِمَا كَانُواْ بِهِۦ يُشۡرِكُونَ ٣٥

35. Mbega none Twoba Twaramanuriye ababangikanyamana icemezo civugira kikerekana, ko igarariza n'ibangikanyamana vyabo vyemewe!

[1] Nimwaba rero mutokwemera kunganya ububasha ku matungo yanyu n'abo mugaba mukaganza, vyoshoboka gute ko mubangikanya Imana Allah n'ibiremwa Igaba Ikaganza.

36. Iyo rero abantu Tubahonjeje ku mpuhwe zacu bakagira amahirwe mu buzima[1], baca banezerwa bakihambaza n'amanyama n'akantu, ha kudushimira. Iyo naho bashikiwe n'amagorwa mu buzima[2] biturutse ku vyaha vyabo, baca bihebura bagahungabana[3].

وَإِذَآ أَذَقْنَا ٱلنَّاسَ رَحْمَةً فَرِحُوا۟ بِهَا ۖ وَإِن تُصِبْهُمْ سَيِّئَةٌۢ بِمَا قَدَّمَتْ أَيْدِيهِمْ إِذَا هُمْ يَقْنَطُونَ ﴿٣٦﴾

37. Mbega ntibamenye ko Imana Allah Ironsa uwo Ishatse mu biremwa vyayo umusesekara w'ibimubeshaho kugira Imugerageze[4], Ikanagerera uwo Ishatse muri vyo kugira Imugerageze[5]! Mu vy'ukuri, muri iryo ronswa ry'umusesekara canke igererwa ry'ibimubeshaho, ni ukuri harimwo ivyemezo ku bemeramana, vyerekana impuhwe n'ubugwaneza vy'Imana Allah.

أَوَلَمْ يَرَوْا۟ أَنَّ ٱللَّهَ يَبْسُطُ ٱلرِّزْقَ لِمَن يَشَآءُ وَيَقْدِرُ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَـَٔايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يُؤْمِنُونَ ﴿٣٧﴾

38. Mwemeramana! Uritwararika rero incuti mu muryango mu kuyiha imperezwa no mu kwunga ubuvandimwe, n'ibindi; maze uhereze n'umukene atagira shinge na rugero n'uwakehaniwe ku rugendo, ikibakenura ku mperezwa no kw'ishikanwa-bwirizwa. Ukwo gutanga ku mperezwa no kw'ishikanwa-bwirizwa, ni vyo vyiza ku batanga barondera gushimwa n'Imana Allah, ni na bo rero baronse intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

فَـَٔاتِ ذَا ٱلْقُرْبَىٰ حَقَّهُۥ وَٱلْمِسْكِينَ وَٱبْنَ ٱلسَّبِيلِ ۚ ذَٰلِكَ خَيْرٌ لِّلَّذِينَ يُرِيدُونَ وَجْهَ ٱللَّهِ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ﴿٣٨﴾

39. Ingurane iyo ari yo yose mutanze mu ntumbero yo kuronka inyungu izira[6] yiyongera mu matungo y'abantu, ntizokwigera yiyongera namba ku Mana Allah, ahubwo izocika agahombo n'ivumwe. Nayo ico ari co cose mutanze kw'ishikanwa-bwirizwa no ku mperezwa, mukagihereza abakigenewe murondera gushimwa n'Imana Allah, Imana Allah Izokibakirira. Abatanga rero muri ubwo buryo, ni bo bazogwirizwa indishi ku Mana Allah.

وَمَآ ءَاتَيْتُم مِّن رِّبًا لِّيَرْبُوَا۟ فِىٓ أَمْوَٰلِ ٱلنَّاسِ فَلَا يَرْبُوا۟ عِندَ ٱللَّهِ ۖ وَمَآ ءَاتَيْتُم مِّن زَكَوٰةٍ تُرِيدُونَ وَجْهَ ٱللَّهِ فَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُضْعِفُونَ ﴿٣٩﴾

40. Bantu! Imana Allah ni Yo Yabaremye, hanyuma Ibaronsa ibibabeshaho kw'isi, hanyuma ikiringo canyu co kubaho giheze Irabica, mu nyuma Izobazura Ibahe ubuzima ku musi w'izuka, kugira muharurirwe ku vyo mwakoze. Mbega none mu bigirwamana musenga, hoba harimwo igishoboye kubagirira na kimwe muri ivyo! Nihaninahazwe Imana Allah, Yongere Ihabwe n'icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo bayibangikanya.

ٱللَّهُ ٱلَّذِى خَلَقَكُمْ ثُمَّ رَزَقَكُمْ ثُمَّ يُمِيتُكُمْ ثُمَّ يُحْيِيكُمْ ۖ هَلْ مِن شُرَكَآئِكُم مَّن يَفْعَلُ مِن ذَٰلِكُم مِّن شَىْءٍ ۚ سُبْحَٰنَهُۥ وَتَعَٰلَىٰ عَمَّا يُشْرِكُونَ ﴿٤٠﴾

---

[1] Nko kugira amagara meza, kuronka ibibondo n'ibibabeshaho, n'ibindi.
[2] Nko kurwara, gukena, gutekerwa n'ubwoba, n'ibindi.
[3] Ukwo, ni ko abenshi mu bantu bateye mu gihe c'amahirwe no mu gihe c'amarushwa.
[4] Ko ashima inema z'Imana Allah akayisenga ari Imwe Rudende canke ko azihakana akayigarariza mu kuyibangikanya.
[5] ko yihangana akigumya akabumbwa n'ivyo aronse canke ko ahababuka agata imiragwe ku Mana Allah no ku bantu.
[6] Inyungu izira ni riba.

41. Ubwononyi bwibonekeje kw'isi[1]; imusozi no mw'ibahari, buturutse ku vyaha bikorwa n'abantu, butuma Imana Allah Ibahanira kw'isi bimwe mu vyo bakoze kugira bikebuke bigaye, baheze baroranirwe kw'isi.

ظَهَرَ ٱلْفَسَادُ فِى ٱلْبَرِّ وَٱلْبَحْرِ بِمَا كَسَبَتْ أَيْدِى ٱلنَّاسِ لِيُذِيقَهُم بَعْضَ ٱلَّذِى عَمِلُوا۟ لَعَلَّهُمْ يَرْجِعُونَ ﴿٤١﴾

42. Ntumwa y'Imana! Bwira abahakana bivuye inyuma ukuri wabazaniye uti: "Nimugendagende kw'isi maze mwirabire ukuntu iherezo ry'abahakanyi b'aho hambere yanyu; nk'abantu ba Nuhu, Bene Aadi na Bene Thamuudi, ryagenze! Iherezo ryabo ryari ribi cane kuko abenshi muri bo bari ababangikanyamana".

قُلْ سِيرُوا۟ فِى ٱلْأَرْضِ فَٱنظُرُوا۟ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلُ ۚ كَانَ أَكْثَرُهُم مُّشْرِكِينَ ﴿٤٢﴾

43. Ntumwa y'Imana! Tumbera uheze ushishikare kwubahiriza idini ry'ubwislamu rigororotse imbere yuko umusi w'umuhero w'isi ushika, umusi ata n'umwe mu biremwa ashoboye guhagarika umuzo wawo. Kuri uwo musi rero, ibiremwa bizoshwiragira mu migwimigwi kugira vyerekwe ibikorwa vyavyo.

فَأَقِمْ وَجْهَكَ لِلدِّينِ ٱلْقَيِّمِ مِن قَبْلِ أَن يَأْتِىَ يَوْمٌ لَّا مَرَدَّ لَهُۥ مِنَ ٱللَّهِ ۖ يَوْمَئِذٍ يَصَّدَّعُونَ ﴿٤٣﴾

44. Abagararije bazohanirwa ubugarariji bwabo mu muriro udahera. Abakoze ivyiza bitegetswe na bo, bazobihemberwa Ubwami bw'ijuru kuko biteguriye ibibubashikanamwo;

مَن كَفَرَ فَعَلَيْهِ كُفْرُهُۥ ۖ وَمَنْ عَمِلَ صَٰلِحًا فَلِأَنفُسِهِمْ يَمْهَدُونَ ﴿٤٤﴾

45. Kugira Imana Allah Ihembe ku bugwaneza bwayo abayemeye bakemera n'Intumwa yayo, bakubahiriza n'amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntikunda namba abagarariji.

لِيَجْزِىَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ مِن فَضْلِهِۦٓ ۚ إِنَّهُۥ لَا يُحِبُّ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٤٥﴾

46. Biri no mu vyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, bigatuma Isengwa Itabangikanywa, kuba Ishoboye kurungika umuyaga usunika ibicu ugatanga umwizero w'imvura ko igiye kugwa; kugira Ibahonje ku mpuhwe zayo mu gutuma imvura igwa, isi n'ibiremwa bikaharonkera akoyokwe; no kugira ubwato bushobore kugendera mw'ibahari ku bushobozi bwayo; no kugira murondere ku mpuhwe zayo ibibabeshaho mu ruja n'uruza rw'ibidandazwa. Ivyo vyose rero, Imana Allah Yabibagiriye kugira mushime inema zayo, muheze muyisenge ari Imwe Rudende mutayibangikanya.

وَمِنْ ءَايَٰتِهِۦٓ أَن يُرْسِلَ ٱلرِّيَاحَ مُبَشِّرَٰتٍ وَلِيُذِيقَكُم مِّن رَّحْمَتِهِۦ وَلِتَجْرِىَ ٱلْفُلْكُ بِأَمْرِهِۦ وَلِتَبْتَغُوا۟ مِن فَضْلِهِۦ وَلَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ ﴿٤٦﴾

47. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri Twebwe Allah, Twararungitse hambere yawe Intumwa ku bantu bazo, maze ziza zibazaniye ivyemezo bigaragara, abenshi muri bo barabigarariza, Duca Twihora abanyavyaha muri bo barenze ku mabwirizwa yacu, Turabahana Turabahonya, Turaheza Turokora muri nya bihano abemeramana

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَا مِن قَبْلِكَ رُسُلًا إِلَىٰ قَوْمِهِمْ فَجَآءُوهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ فَٱنتَقَمْنَا مِنَ ٱلَّذِينَ أَجْرَمُوا۟ ۖ وَكَانَ حَقًّا عَلَيْنَا نَصْرُ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٤٧﴾

[1] Nk'igwirirana ry'indwara, itara ry'imvura n'ihindagurika ry'ibihe vyayo, amapfa n'ibiza vy'indwara z'akaranda zifata abantu, ibitungwa n'ibiterwa, n'ibindi.

bakurikiye nya Ntumwa, kandi Twategerezwa kurokora abemeramana.

48. Imana Allah, ni Yo Irungika umuyaga ugasunika ibicu vy'imvura, Igaheza Ikabisanza mu kirere uko Ibishaka, maze Ikavyegeranya mu bicebice ahatandukanye, ukabona imvura iraguye ivuye muri nya bicu izananye mu kirere, Imana Allah rero Irungikira nya mvura abo Ishatse mu baja bayo, bagaca banezerwa n'akamwemwe kenshi ko bagiye kubukura mu cibo;

ٱللَّهُ ٱلَّذِى يُرْسِلُ ٱلرِّيَٰحَ فَتُثِيرُ سَحَابًا فَيَبْسُطُهُۥ فِى ٱلسَّمَآءِ كَيْفَ يَشَآءُ وَيَجْعَلُهُۥ كِسَفًا فَتَرَى ٱلْوَدْقَ يَخْرُجُ مِنْ خِلَٰلِهِۦ فَإِذَآ أَصَابَ بِهِۦ مَن يَشَآءُ مِنْ عِبَادِهِۦٓ إِذَا هُمْ يَسْتَبْشِرُونَ ﴿٤٨﴾

49. Kandi mu vy'ukuri imbere yuko nya mvura igwa, bari bihebuye kuko imvura yari yataze.

وَإِن كَانُوا۟ مِن قَبْلِ أَن يُنَزَّلَ عَلَيْهِم مِّن قَبْلِهِۦ لَمُبْلِسِينَ ﴿٤٩﴾

50. Muntu! Ehe raba rero ingaruka nziza z'imvura igwa ku mpuhwe z'Imana Allah ku vyatsi bimera, ku biterwa no ku biti, aho isi iheza igatotahara inyuma y'aho yari yaragadutse ikaba ubukumbagare! Mu vy'ukuri rero Imana Allah Ishoboye gusubiza itoto isi yari yaragadutse, ni ukuri Irashoboye gusubiza n'abapfuye ubuzima bakazuka, ni na Yo Mushoboravyose.

فَٱنظُرْ إِلَىٰٓ ءَاثَٰرِ رَحْمَتِ ٱللَّهِ كَيْفَ يُحْىِ ٱلْأَرْضَ بَعْدَ مَوْتِهَآ ۚ إِنَّ ذَٰلِكَ لَمُحْىِ ٱلْمَوْتَىٰ ۖ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٥٠﴾

51. N'iyo Tworamuka Turungikiye ibiterwa vyabo umuyaga w'igihuhusi ukavyonona, maze bakabona ko nya biterwa vyahishiye inyuma y'aho vyasa n'urwatsi rubisi, ni ukuri n'inyuma y'ivyo vyose, boguma bihakana inema z'Imana Allah.

وَلَئِنْ أَرْسَلْنَا رِيحًا فَرَأَوْهُ مُصْفَرًّا لَّظَلُّوا۟ مِنۢ بَعْدِهِۦ يَكْفُرُونَ ﴿٥١﴾

52. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, ntushobora gutuma ibipfamutima bitanyurwa vyumva ukuri bikagukurikira; eka ntushobora no gutuma ibipfamatwi vyumva ubutumwa bikabutegera mu gihe bigenjeje umugongo bikwirengagiza[1];

فَإِنَّكَ لَا تُسْمِعُ ٱلْمَوْتَىٰ وَلَا تُسْمِعُ ٱلصُّمَّ ٱلدُّعَآءَ إِذَا وَلَّوْا۟ مُدْبِرِينَ ﴿٥٢﴾

53. Ntumwa y'Imana! Eka ntunashobora no kurongora mu nzira y'ukuri abo Imana Allah Yahubishije mu kutabashoboza kubona ukuri, maze bagahuba ku bugaba bwabo. Burya ushoboye kwumvisha gusa abemeye Aayah zacu za Qor'ani, bagaheza bakicisha bugufi mu kwubahiriza ivyo ubararikiye.

وَمَآ أَنتَ بِهَٰدِ ٱلْعُمْىِ عَن ضَلَٰلَتِهِمْ ۖ إِن تُسْمِعُ إِلَّا مَن يُؤْمِنُ بِـَٔايَٰتِنَا فَهُم مُّسْلِمُونَ ﴿٥٣﴾

[1] Ntumwa y'Imama! Ntugatuntuzwe rero n'ukubona ababangikanyamana batakwemera ngo bagukurikire, kuko bo ni nk'ibiragi ntibumva; ni nk'abapfuye, ntibanyurwa namba n'aho boba bari hambavu yawe, nkeswe rero mu gihe baguhunga ngo ntibumve n'ubutumwa ubashikiriza.

54. Imana Allah ni Yo Yabaremye mw'ima ry'intanga zigayitse, inyuma y'intege nke zo mu bwana, Ibaha n'inguvu zo mu bukuru; mu nyuma y'aho, Ibaha intege nke n'imvi mu busaza. Burya Imana Allah, Irema uko Ishatse mu gutanga intege nke canke mu gutanga inguvu; ni Yo Nyenubumenyikurivyose, Irazi ibiremwa vyayo, ni Mushoboravyose.

ٱللَّهُ ٱلَّذِى خَلَقَكُم مِّن ضَعْفٍ ثُمَّ جَعَلَ مِنۢ بَعْدِ ضَعْفٍ قُوَّةً ثُمَّ جَعَلَ مِنۢ بَعْدِ قُوَّةٍ ضَعْفًا وَشَيْبَةً ۚ يَخْلُقُ مَا يَشَآءُ ۚ وَهُوَ ٱلْعَلِيمُ ٱلْقَدِيرُ ﴿٥٤﴾

55. Umusi rero umuhero w'isi wageze, hanyuma Imana Allah Ikazura abapfuye bose, abanyavyaha barenga ku mabwirizwa yayo, bazorahira barengwe ko batigeze baba kw'isi kiretse akanya isase. Bazoheza rero barahire babesha nk'uko bahora babesha kw'isi mu guhakana ukuri bashikirijwe n'Intumwa.

وَيَوْمَ تَقُومُ ٱلسَّاعَةُ يُقْسِمُ ٱلْمُجْرِمُونَ مَا لَبِثُوا۟ غَيْرَ سَاعَةٍ ۚ كَذَٰلِكَ كَانُوا۟ يُؤْفَكُونَ ﴿٥٥﴾

56. Nayo abahawe ubumenyi n'ukwemera Imana Allah, mu bamalayika, mu Ntumwa no mu bemeramana, bazoheza bavuge bati: "Ni ukuri, mwabaye kw'isi ikiringo mwandikiwe mu Gitabu c'ivyagezwe ku Mana Allah kuva muremwa, gushika kuri uno musi w'izurwa ry'ibiremwa, ariko rero mukiri kw'isi ntimwari muzi ko uno musi uzobashikira, maze murawuhakana".

وَقَالَ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْعِلْمَ وَٱلْإِيمَٰنَ لَقَدْ لَبِثْتُمْ فِى كِتَٰبِ ٱللَّهِ إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْبَعْثِ ۖ فَهَٰذَا يَوْمُ ٱلْبَعْثِ وَلَٰكِنَّكُمْ كُنتُمْ لَا تَعْلَمُونَ ﴿٥٦﴾

57. Kuri uwo musi w'izuka rero, abirenganije, ivyireguzo vyabo nta co bizobamarira, eka ntibazonasabwa no gushimisha Imana Allah mu kwigaya.

فَيَوْمَئِذٍ لَّا يَنفَعُ ٱلَّذِينَ ظَلَمُوا۟ مَعْذِرَتُهُمْ وَلَا هُمْ يُسْتَعْتَبُونَ ﴿٥٧﴾

58. Ni ukuri, Twebwe Allah Twarahaye abantu muri iyi Qor'ani, uburorero bukwiye kandi butandukanye bwotuma banyurwa bakikebuka, bagaheza bakabugendera mu gusenga Imana Imwe Rudende Allah. Ntumwa y'Imana! N'aho wobazanira icemezo kingana gute coza cerekana ko uri mu kuri koko, ni ukuri abakugararije bovuga bati: "Mwebwe nta co muvuga atari iremetanya gusa".

وَلَقَدْ ضَرَبْنَا لِلنَّاسِ فِى هَٰذَا ٱلْقُرْءَانِ مِن كُلِّ مَثَلٍ ۚ وَلَئِن جِئْتَهُم بِـَٔايَةٍ لَّيَقُولَنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ إِنْ أَنتُمْ إِلَّا مُبْطِلُونَ ﴿٥٨﴾

59. Ntumwa y'Imana! Ni nk'ukwo nyene rero Imana Allah Itera ikimangu c'ubugarariji ku mitima y'abatazi ukuri kw'ivyo wabazaniye bivuye ku Mana yawe Allah.

كَذَٰلِكَ يَطْبَعُ ٱللَّهُ عَلَىٰ قُلُوبِ ٱلَّذِينَ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٥٩﴾

60. Ihanganire rero ihakana n'ibangamira ry'abantu warungitsweko. Mu vy'ukuri, isezerano wahawe n'Imana Allah ryo gushika ku ntsinzi no guhabwa indishi, ni iry'ukuri. Abatemera umuhero w'isi ngo bizere ko bazohemberwa ivyo bakoze, ntibazogutiriganishe namba kw'idini ryawe.

فَٱصْبِرْ إِنَّ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقٌّ ۖ وَلَا يَسْتَخِفَّنَّكَ ٱلَّذِينَ لَا يُوقِنُونَ ﴿٦٠﴾

31. Luqmaan (Luqmani)
Aayah 34, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

الٓمٓ ١

1. Alif Laam Miim[1].

تِلْكَ ءَايَٰتُ ٱلْكِتَٰبِ ٱلْحَكِيمِ ٢

2. Izi, ni Aayah z'Igitabu Qor'ani Nakumanuriye Ntumwa y'Imana, gitomora neza imvo n'imvano z'ingingo n'amabwirizwa.

هُدًى وَرَحْمَةً لِّلْمُحْسِنِينَ ٣

3. Izi Aayah za Qor'ani, ni uburongozi n'impuhwe ku bagwaneza bubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah, bakagendera n'imigenzo y'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);

ٱلَّذِينَ يُقِيمُونَ ٱلصَّلَوٰةَ وَيُؤْتُونَ ٱلزَّكَوٰةَ وَهُم بِٱلْءَاخِرَةِ هُمْ يُوقِنُونَ ٤

4. Abatsimbataza isengesho rikwije ibisabwa ku mwanya waryo, bagatanga n'ishikanwa-bwirizwa, bakemera n'uko hari izurwa n'iharurirwa ry'ibiremwa mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

أُوْلَٰٓئِكَ عَلَىٰ هُدًى مِّن رَّبِّهِمْ ۖ وَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ٥

5. Abo, ni bo rero bari mu bugororotsi buvuye ku Mana yabo Rurema Allah, ni na bo baronse intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يَشْتَرِى لَهْوَ ٱلْحَدِيثِ لِيُضِلَّ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ بِغَيْرِ عِلْمٍ وَيَتَّخِذَهَا هُزُوًا ۚ أُوْلَٰٓئِكَ لَهُمْ عَذَابٌ مُّهِينٌ ٦

6. Burya mu bantu, harimwo uwutanga uburyo mu kugura amajambo y'ibihendamaso bisamaza[2], kugira ahubishe abantu inzira y'uburongozi bw'Imana Allah, akagira na Aayah zayo kuba itebura.

Uyo rero, ari mu bategekanirijwe ibihano bisuzuguza;

وَإِذَا تُتْلَىٰ عَلَيْهِ ءَايَٰتُنَا وَلَّىٰ مُسْتَكْبِرًا كَأَن لَّمْ يَسْمَعْهَا كَأَنَّ فِىٓ أُذُنَيْهِ وَقْرًا ۖ فَبَشِّرْهُ بِعَذَابٍ أَلِيمٍ ٧

7. Iyo asomewe Aayah za Qor'ani arazirengagiza n'amanyama n'akantu, akagenza umugongo, akica amatwi nk'uwutazumva, ukamengo yarazivye amatwi. Ntumwa y'Imana! Umuntu nk'uyo, uramushikiriza inkuru y'incamugongo, ko yagenewe ibihano bibabaza ku musi w'izuka.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَهُمْ جَنَّٰتُ ٱلنَّعِيمِ ٨

8. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, barategekanirijwe Ubwami bw'ijuru bwuzuyemwo inema;

خَٰلِدِينَ فِيهَا ۖ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقًّا ۚ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ٩

9. Bazobubamwo. Iryo ni isezerano ry'Imana Allah ry'ukuri, ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora;

خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ بِغَيْرِ عَمَدٍ تَرَوْنَهَا ۖ وَأَلْقَىٰ فِى ٱلْأَرْضِ رَوَٰسِىَ أَن تَمِيدَ بِكُمْ وَبَثَّ

10. Yaremye amajuru Irayahanika ata nkingi mubona ziyafashe, Iraheza Ishira mw'isi imisozi iyishigikiye kugira ntibazungagize ngo munanirwe kuyibako, maze Ikwiragiza

[2] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

[1] Ibihendamaso bisamaza, ni ikintu ico ari cose gisamaza umuntu mu kutitwararika ibikorwa vy'igamburukiramana.

فِيهَا مِن كُلِّ دَآبَّةٖۚ وَأَنزَلۡنَا مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءٗ فَأَنۢبَتۡنَا فِيهَا مِن كُلِّ زَوۡجٖ كَرِيمٍ ١٠

kuri yo amoko y'ibiremwa bigendagenda, gutyo Twebwe Allah Dutuma n'imvura igwa ivuye mu bicu izananye mu kirere, Turaheza Tunagisha kw'isi ubwoko bwose bw'ivyimeza n'ibiterwa ngirakamaro biryoheye ijisho.

هَٰذَا خَلۡقُ ٱللَّهِ فَأَرُونِي مَاذَا خَلَقَ ٱلَّذِينَ مِن دُونِهِۦۚ بَلِ ٱلظَّٰلِمُونَ فِي ضَلَٰلٖ مُّبِينٖ ١١

11. Ehe nimurabe rero ivyaremwe n'Imana Allah! Babangikanyamana! Enda nyabuna rero, nimunyereke ivyaremwe n'ibigirwamana musenga mu gishingo c'Imana Allah! Ahubwo abirenganije mw'ibangikanyamana, bari mu buhuvyi bugaragara buri kure cane y'ukuri.

وَلَقَدۡ ءَاتَيۡنَا لُقۡمَٰنَ ٱلۡحِكۡمَةَ أَنِ ٱشۡكُرۡ لِلَّهِۚ وَمَن يَشۡكُرۡ فَإِنَّمَا يَشۡكُرُ لِنَفۡسِهِۦۖ وَمَن كَفَرَ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَنِيٌّ حَمِيدٞ ١٢

12. Ni ukuri, Twarahaye umuja mweranda Luqmaani, ubutore bwo gutumbera ukuri mu mvugo n'ingiro, Turaheza Tumubwira Duti: "Shimira Imana Allah ku nema Yaguhaye". Uwushimiye rero Imana Allah ku nema Yamuhaye, aba ashimye ku neza yiwe. Nayo uwugararije mu guhakana yivuye inyuma inema zayo, ni ukuri Imana Allah ni Uwikenuye, Yikenuye muri vyose nta co Ikeneye ku biremwa; Nyenugushimwa, Ishimwa ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo mu bihe vyose.

وَإِذۡ قَالَ لُقۡمَٰنُ لِٱبۡنِهِۦ وَهُوَ يَعِظُهُۥ يَٰبُنَيَّ لَا تُشۡرِكۡ بِٱللَّهِۖ إِنَّ ٱلشِّرۡكَ لَظُلۡمٌ عَظِيمٞ ١٣

13. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Luqmaani yahanura umuhungu wiwe akamubwira ati: "Mwananje! Ntukabangikanye Imana Allah ngo wirenganye, mu vy'ukuri ibangikanyamana, ni akarenganyo n'icaha rutura".

وَوَصَّيۡنَا ٱلۡإِنسَٰنَ بِوَٰلِدَيۡهِ حَمَلَتۡهُ أُمُّهُۥ وَهۡنًا عَلَىٰ وَهۡنٖ وَفِصَٰلُهُۥ فِي عَامَيۡنِ أَنِ ٱشۡكُرۡ لِي وَلِوَٰلِدَيۡكَ إِلَيَّ ٱلۡمَصِيرُ ١٤

14. Twebwe Allah, Twabwirije umuntu kwubaha no kwubahiriza abavyeyi biwe. Akwiye kwibuka ko nyina yasamye imbanyi yiwe mu muruho ku wundi, araheza atwara nya mbanyi, aramuvyara, aramwonsa gushika amucukije kw'ibere mu kiringo c'imyaka ibiri; amaze gukura, Tumubwiriza Duti: "Shimira rero Imana Allah, uheze ushimire n'abavyeyi bawe, iherezo ryanyu mwese ni iwanje Jewe Allah, kugira mpembere umwe wese muri mwebwe ico yakoze;

وَإِن جَٰهَدَاكَ عَلَىٰٓ أَن تُشۡرِكَ بِي مَا لَيۡسَ لَكَ بِهِۦ عِلۡمٞ فَلَا تُطِعۡهُمَاۖ وَصَاحِبۡهُمَا فِي ٱلدُّنۡيَا مَعۡرُوفٗاۖ وَٱتَّبِعۡ سَبِيلَ مَنۡ أَنَابَ إِلَيَّۚ ثُمَّ إِلَيَّ مَرۡجِعُكُمۡ فَأُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمۡ تَعۡمَلُونَ ١٥

15. Muntu! Abavyeyi bawe rero, nibaguhatira kumbangikanya mu gusenga ivyo udafitiye ubumenyi canke gucumura, ntuzobumvire namba, uraheza rero ubane na bo kw'isi mu bugwaneza mu gihe ata caha kirimwo, maze ukurikire inzira y'uwigaya akagaruka kuri Jewe Allah; hanyuma muzosubizwa iwanje, Mpeze Ndababwire ivyo mwari mwarakoze kw'isi, maze Ndabibahembere".

يَٰبُنَيَّ إِنَّهَآ إِن تَكُ مِثۡقَالَ حَبَّةٖ مِّنۡ خَرۡدَلٖ فَتَكُن فِي صَخۡرَةٍ أَوۡ فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ أَوۡ فِي ٱلۡأَرۡضِ يَأۡتِ بِهَا ٱللَّهُۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَطِيفٌ خَبِيرٞ ١٦

16. Luqmaani yabandanije ahanura umuhungu wiwe ati: "Mwananje! Ikibi canke iciza ukoze, n'aho coba kingana n'urutete rw'ururo, kikaba kiri mw'ibuye riri mu musozi canke aho ari ho hose mu majuru canke mw'isi, menya ko Imana Allah Izokizana ku musi w'izuka maze Ikiguharurire.

Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Rumenyi-Rudahishwa, Irazi neza ibikorwa vy'ibiremwa, ni Muhetuziwavyose;

17. Mwananje! Tsimbataza isengesho rikwije ibisabwa, ubwirize gukora iciza, maze ubuze no gukora ikibi, uheze rero wihanganire ibigushikiye. Mu vy'ukuri izi mpanuro, ziri mu mabwirizwa ahambaye utegerezwa kwitwararika;

يَٰبُنَيَّ أَقِمِ ٱلصَّلَوٰةَ وَأۡمُرۡ بِٱلۡمَعۡرُوفِ وَٱنۡهَ عَنِ ٱلۡمُنكَرِ وَٱصۡبِرۡ عَلَىٰ مَآ أَصَابَكَۖ إِنَّ ذَٰلِكَ مِنۡ عَزۡمِ ٱلۡأُمُورِ ١٧

18. Ntukarabe hirya ngo wirengagize abantu n'amanyama mu gihe co kuganira na bo; kandi ntukagendere kw'isi n'ubwishime ku bantu. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntikunda namba uwishima akirata ku bandi;

وَلَا تُصَعِّرۡ خَدَّكَ لِلنَّاسِ وَلَا تَمۡشِ فِي ٱلۡأَرۡضِ مَرَحًاۖ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ كُلَّ مُخۡتَالٖ فَخُورٖ ١٨

19. Uricisha bugufi mu gutambuka, nturenze ijwi abo muganira. Mu vy'ukuri, ijwi ribi ridakundwa na gato, ni ukuri ni ijwi ry'indogobwe yabira ikarenza urugezo".

وَٱقۡصِدۡ فِي مَشۡيِكَ وَٱغۡضُضۡ مِن صَوۡتِكَۚ إِنَّ أَنكَرَ ٱلۡأَصۡوَٰتِ لَصَوۡتُ ٱلۡحَمِيرِ ١٩

20. Bantu! Mbega ntimubona ko Imana Allah Yaremye ku neza yanyu ibiri mu majuru[1] n'ibiri mw'isi[2], n'ibindi bitari ivyo, Iraheza Ibakwiragizako inema zayo; iziboneka[3] muri zo n'izitaboneka[4], n'izindi nema rero mutazi Yabategekanirije! Burya mu bantu, harimwo abaharira ku bijanye n'isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, bagaharira mu ntumbero yo kugarariza ata n'ubumenyi canke icemezo bafise, ata n'uburongozi bw'Intumwa Twarungitse bisunze, eka ata n'Igitabu cerekana ukuri kw'ivyo bavuga.

أَلَمۡ تَرَوۡاْ أَنَّ ٱللَّهَ سَخَّرَ لَكُم مَّا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلۡأَرۡضِ وَأَسۡبَغَ عَلَيۡكُمۡ نِعَمَهُۥ ظَٰهِرَةٗ وَبَاطِنَةٗۗ وَمِنَ ٱلنَّاسِ مَن يُجَٰدِلُ فِي ٱللَّهِ بِغَيۡرِ عِلۡمٖ وَلَا هُدٗى وَلَا كِتَٰبٖ مُّنِيرٖ ٢٠

21. Iyo abaharira ku bijanye n'isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah babwiwe bati: "Enda nyabuna rero, nimukurikire ivyo Imana Allah Yamanuriye Umuvugishwamana wayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)", baca bishura bati: "Ahubwo nyabuna dukurikira ivyo twasanze abavyeyi bacu bakora mu gusenga ibigirwamana". Karashize ingani bakore ivyo, n'aho shetani yobaryosharyosha mu kibi, ibararikira kuja mu bihano vy'umuriro wama wegenyejwe!

وَإِذَا قِيلَ لَهُمُ ٱتَّبِعُواْ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ قَالُواْ بَلۡ نَتَّبِعُ مَا وَجَدۡنَا عَلَيۡهِ ءَابَآءَنَآۚ أَوَلَوۡ كَانَ ٱلشَّيۡطَٰنُ يَدۡعُوهُمۡ إِلَىٰ عَذَابِ ٱلسَّعِيرِ ٢١

22. Uwutumbera Imana Allah mu vyo akora vyose, akaba ari n'umugwaneza mu mvugo n'ingiro, ni ukuri azoba yafashe kw'ipfundo rimushikana ku gushimwa n'Imana Allah. Burya, iherezo ry'ibintu vyose riri ku Mana Allah, Izohembera umwumwe wese ico yakoze.

۞وَمَن يُسۡلِمۡ وَجۡهَهُۥٓ إِلَى ٱللَّهِ وَهُوَ مُحۡسِنٞ فَقَدِ ٱسۡتَمۡسَكَ بِٱلۡعُرۡوَةِ ٱلۡوُثۡقَىٰۗ وَإِلَى ٱللَّهِ عَٰقِبَةُ ٱلۡأُمُورِ ٢٢

23. Ntumwa y'Imana! Uwagararije, igarariza ryiwe ntirikagutuntuze ku mutima, kuko wamaze gushikiriza ubutumwa butomoye, amaherezo y'abagarariji ku musi

وَمَن كَفَرَ فَلَا يَحۡزُنكَ كُفۡرُهُۥٓۚ إِلَيۡنَا مَرۡجِعُهُمۡ فَنُنَبِّئُهُم بِمَا عَمِلُوٓاْۚ

[1] Nk'ukwezi, izuba, inyenyeri n'ibicu, n'ibindi.
[2] Nk'amazi, ivyamwa, ibiti, ubutare, ibitungwa n'ibindi biremwa bigendagenda kw'isi.
[3] Nk'amagara meza, amatungo, ibibondo, n'ibindi.
[4] Nk'ubwenge n'ubukerebutsi, ubumenyi, ukwemera, n'ibindi.

w'izuka, ni iwacu Twebwe Allah, Tuzoheza rero Tubabwire ivyo bakoze vyose, maze Tubibahembere. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irazi ibinyegejwe mu mishaha;

إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٌۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ﴿٢٣﴾

24. Twebwe Allah, Tuzoheza Tubahe kuryoherwa gato mu buzima bwo kw'isi, hanyuma ku musi w'izuka, Tubashorere mu bihano biremereye vyo mu muriro wa Jahannamu.

نُمَتِّعُهُمْ قَلِيلًا ثُمَّ نَضْطَرُّهُمْ إِلَىٰ عَذَابٍ غَلِيظٍ ﴿٢٤﴾

25. Ntumwa y'Imana! No mu gihe woramuka ubajije ababangikanyamana uti: "Mbega, ni nde Yaremye amajuru n'isi?". Ni ukuri bazokwishura bati: "Vyaremwe n'Imana Allah". Nibakwishura rero ukwo, uraca ubabwira uti: "Nihashimagizwe rero Imana Allah Igaragaje ukuri mu vyo mwivugiye". Ahubwo rero abenshi mu babangikanyamana, ntibazi Imana Ikwiye gushimwa, ngo baheze bayisenge ari Imwe Rudende batayibangikanya.

وَلَئِن سَأَلْتَهُم مَّنْ خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ لَيَقُولُنَّ ٱللَّهُ ۚ قُلِ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ ۚ بَلْ أَكْثَرُهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٢٥﴾

26. Imana Allah, ni Yo Rugaba w'ibiri mu majuru n'isi. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Uwikenuye Yikenuye muri vyose, Nyenugushimwa, Ishimwa ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo mu bihe vyose.

لِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلْغَنِىُّ ٱلْحَمِيدُ ﴿٢٦﴾

27. Ni ukuri, iyo ibiti vyose biri kw'isi bihinduka ikaramu, amazi y'amabahari yose hiyongeyeko n'ayandi mabahari indwi, yose agacika irangi, maze bikandika amajambo y'Imana Allah yerekeye ubumenyi n'ingingo vyayo, ivyo Ihishurira abamalayika n'Intumwa zayo; nya karamu zovungaguritse, na nya mazi y'amabahari yose yokamye imbere yuko amajambo y'Imana Allah ahera kwandikwa. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora[1].

وَلَوْ أَنَّمَا فِى ٱلْأَرْضِ مِن شَجَرَةٍ أَقْلَٰمٌ وَٱلْبَحْرُ يَمُدُّهُۥ مِنۢ بَعْدِهِۦ سَبْعَةُ أَبْحُرٍ مَّا نَفِدَتْ كَلِمَٰتُ ٱللَّهِ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ عَزِيزٌ حَكِيمٌ ﴿٢٧﴾

28. Bantu! Iremwa ryanyu, eka n'izurwa ryanyu ku musi w'izuka, bizoba mu kanya isase kandi vyoroshe cane; nk'iremwa ry'umuntu umwe n'izurwa ryiwe. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenukubona, Irabona neza ivyo mukora, kandi Izobibahembera.

مَّا خَلْقُكُمْ وَلَا بَعْثُكُمْ إِلَّا كَنَفْسٍ وَٰحِدَةٍ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ سَمِيعٌۢ بَصِيرٌ ﴿٢٨﴾

29. Mbega ntiwabonye ko Imana Allah Yinjiza igice c'ijoro mu murango, maze umurango ukaba muremure; Ikinjinza igice c'umurango mw'ijoro, maze ijoro rikaba rirerire; n'uko Yabagiriye izuba n'ukwezi mwikorako, kimwe cose muri vyo kigaca mu nzira-ntasobwa yaco kugera kw'isango ryagezwe; n'uko Imana Allah Izi neza ivyo mukora vyose, ari Muhetuziwavyose!

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ يُولِجُ ٱلَّيْلَ فِى ٱلنَّهَارِ وَيُولِجُ ٱلنَّهَارَ فِى ٱلَّيْلِ وَسَخَّرَ ٱلشَّمْسَ وَٱلْقَمَرَ ۖ كُلٌّ يَجْرِىٓ إِلَىٰٓ أَجَلٍ مُّسَمًّى وَأَنَّ ٱللَّهَ بِمَا تَعْمَلُونَ خَبِيرٌ ﴿٢٩﴾

[1] Iyi Aayah iremeza ko Imana Allah Ivuga Igatomora amajambo mu buryo buberanye n'icubahiro cayo.

30. Ivyo vyose rero, bikerekana ubushobozi bw'Imana Allah kugira mumenye ko ari Yo Nyakuri[1]; n'uko ivyo musenga mu gishingo cayo ari irementanya; n'uko Imana Allah ari Yo Nyenicubahiro-ntangere, Nyenubukuru, Ikwiye gusengwa ari Imwe Rudende Itabangikanywa.

ذَٰلِكَ بِأَنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلْحَقُّ وَأَنَّ مَا يَدْعُونَ مِن دُونِهِ ٱلْبَٰطِلُ وَأَنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلْعَلِيُّ ٱلْكَبِيرُ ﴿٣٠﴾

31. Mbega muntu wihweza ibintu n'ibindi! Ntiwabonye ko ubwato amahanga bugendera mw'ibahari ku bugwaneza bw'Imana Allah Igirira ibiremwa, kugira Ibereke mu vyemezo vyayo ivyotuma mwikebuka! Mu vy'ukuri, mw'igendera ry'ubwato mw'ibahari, ni ukuri harimwo ivyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah ku wihanganira igamburukiramana, agashima n'inema zayo.

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱلْفُلْكَ تَجْرِى فِى ٱلْبَحْرِ بِنِعْمَتِ ٱللَّهِ لِيُرِيَكُم مِّنْ ءَايَٰتِهِۦٓ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّكُلِّ صَبَّارٍ شَكُورٍ ﴿٣١﴾

32. Iyo ababangikanyamana bari ku rugendo mu bwato, bakugarizwa n'imikuba ingana umusozi ivuye hirya no hino, igipfungu na co hejuru yabo ari nk'ibicu, maze bagatinya gutwarwa, muri ico gihe baca bambaza Imana Imwe Rudende Allah, beza n'idini ryayo ngo Ibarokore. Imana Allah Iramutse Ibumviye, Ikabakura muri nya kaga, bagashika imusozi amahoro, ubona muri bo harimwo uwutagira ishaka ryo gushimira koko Imana Allah, hakabamwo rero n'uwihakana inema zayo akagarariza. Burya, nta wugarariza mu guhakana yivuye inyuma ivyemezo vy'ubushobozi bwacu Twebwe Allah, kiretse umuhemu atigera yubahiriza isezerano, umugarariji ruhebwa mu kwihakana inema zacu.

وَإِذَا غَشِيَهُم مَّوْجٌ كَٱلظُّلَلِ دَعَوُا۟ ٱللَّهَ مُخْلِصِينَ لَهُ ٱلدِّينَ فَلَمَّا نَجَّىٰهُمْ إِلَى ٱلْبَرِّ فَمِنْهُم مُّقْتَصِدٌ ۚ وَمَا يَجْحَدُ بِـَٔايَٰتِنَآ إِلَّا كُلُّ خَتَّارٍ كَفُورٍ ﴿٣٢﴾

33. Emwe bantu! Nimugamburukire Imana yanyu Rurema Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, maze mwiyubare umusi w'umuhero w'isi, igihe umuvyeyi ata co azomarira umwana wiwe, eka n'umwana nta na kimwe azomarira umuvyeyi wiwe. Mu vy'ukuri isezerano ry'Imana Allah, ni iry'ukuri; ntimuhendwe rero n'ibihendamaso vyo mu buzima bwo kw'isi, ngo bibabuze kwitegurira ubuzima bw'inyuma yo gupfa, kandi ntimugahendwe na shetani ibibagiza Imana Allah[2].

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ ٱتَّقُوا۟ رَبَّكُمْ وَٱخْشَوْا۟ يَوْمًا لَّا يَجْزِى وَالِدٌ عَن وَلَدِهِۦ وَلَا مَوْلُودٌ هُوَ جَازٍ عَن وَالِدِهِۦ شَيْـًٔا ۚ إِنَّ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقٌّ ۖ فَلَا تَغُرَّنَّكُمُ ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَا وَلَا يَغُرَّنَّكُم بِٱللَّهِ ٱلْغَرُورُ ﴿٣٣﴾

34. Mu vy'ukuri, ubumenyi bw'isango umuhero w'isi uzoshikirako, ni ubw'Imana Allah Yonyene, ni Yo Inatuma imvura igwa igahembura ibiremwa, Irazi n'ikiremwa kikiri mu gitereko, nta kiremwa na kimwe gifise ubuzima kizi ikizokibeshaho ejo, nta n'ikiremwa na kimwe gifise ubuzima kizi isango n'ahantu kizopfira, ivyo vyose bikaba

إِنَّ ٱللَّهَ عِندَهُۥ عِلْمُ ٱلسَّاعَةِ وَيُنَزِّلُ ٱلْغَيْثَ وَيَعْلَمُ مَا فِى ٱلْأَرْحَامِ ۖ وَمَا تَدْرِى نَفْسٌ مَّاذَا تَكْسِبُ غَدًا ۖ وَمَا تَدْرِى

[1] Ukubaho kwayo n'ibikomoka kuri Yo vyose, ni ukuri, nta makenga canke amazinda ari mu mazina no mu matazirano yayo, kibure mu bumana bwayo.

[1] Shetani ihubisha abantu ikabibagiza Imana Allah, irashobora kuba ikomoka mu bantu canke mu majini.

biri gusa mu bumenyi bwayo. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Muhetuziwavyose.

نَفۡسُۢ بِأَيِّ أَرۡضٖ تَمُوتُۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٌ خَبِيرٞ ٣٤

32. As-Sajda (Ukwubama)
Aayah 30, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Alif Laam Miim[1].

الٓمٓ ١

2. Iyi Qor'ani yamanuriwe Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), nta makenga ko yamanuwe ivuye ku Mana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose.

تَنزِيلُ ٱلۡكِتَٰبِ لَا رَيۡبَ فِيهِ مِن رَّبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٢

3. Ahubwo nyene rero ababangikanyamana, ntibavuga ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarementanije Qor'ani! Baranguha! Ntumwa y'Imana! Ahubwo Qor'ani, ni kwo kuri wamanuriwe n'Imana yawe Rurema Allah, kugira ugabishe abantu batigeze bashikirwa hambere yawe n'Umugabisha ku bihano vy'Imana Allah, kumbure hari n'aho botumbera inzira igororotse, bagaheza bakakwemera.

أَمۡ يَقُولُونَ ٱفۡتَرَىٰهُۖ بَلۡ هُوَ ٱلۡحَقُّ مِن رَّبِّكَ لِتُنذِرَ قَوۡمٗا مَّآ أَتَىٰهُم مِّن نَّذِيرٖ مِّن قَبۡلِكَ لَعَلَّهُمۡ يَهۡتَدُونَ ٣

4. Imana Allah, ni Yo Yaremye amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo mu misi itandatu[2], hanyuma Iraheza Irahangama hejuru y'ibiremwa vyose ku Buhangamo bwayo "Al'Arsh" mu buryo buberanye n'icubahiro cayo[3]. Bantu! Nta muhagarikizi mufise abatunganiriza ivyanyu havuye Imana Allah, eka nta n'uwubavugira mufise yobakurako ibihano vyayo atari ku burenganzira bwayo. Ubwo none, ntimwokwibuka mukamenya ko Imana Allah Ikwiye gusengwa ari Imwe Rudende Itabangikanywa!

ٱللَّهُ ٱلَّذِي خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ وَمَا بَيۡنَهُمَا فِي سِتَّةِ أَيَّامٖ ثُمَّ ٱسۡتَوَىٰ عَلَى ٱلۡعَرۡشِۖ مَا لَكُم مِّن دُونِهِۦ مِن وَلِيّٖ وَلَا شَفِيعٍۚ أَفَلَا تَتَذَكَّرُونَ ٤

5. Itunganiriza ibiremwa vyose kw'itegeko rivuye mw'ijuru rikamanuka kw'isi, hanyuma nya tegeko rigasubira kuri Yo ku musi ungana n'imyaka igihumbi, mufatiye ku kirangamisi co kw'isi.

يُدَبِّرُ ٱلۡأَمۡرَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ إِلَى ٱلۡأَرۡضِ ثُمَّ يَعۡرُجُ إِلَيۡهِ فِي يَوۡمٖ كَانَ مِقۡدَارُهُۥٓ أَلۡفَ سَنَةٖ مِّمَّا تَعُدُّونَ ٥

6. Iyo Mana Rurema Allah Ishoboye gutunganiriza ibiremwa rero, ni Yo Rumenyi w'ibintu vyose, Irazi ibinyegeje n'ibiboneka, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo;

ذَٰلِكَ عَٰلِمُ ٱلۡغَيۡبِ وَٱلشَّهَٰدَةِ ٱلۡعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ٦

7. Yatunganije ikintu cose maze Igiha indemo ikibereye, Yatanguye no kurema umuntu ari we Adamu mw'ivu ata co Irinze gufatirako;

ٱلَّذِيٓ أَحۡسَنَ كُلَّ شَيۡءٍ خَلَقَهُۥۖ وَبَدَأَ خَلۡقَ ٱلۡإِنسَٰنِ مِن طِينٖ ٧

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.
[2] Imana Allah Yaremye amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo mu misi itandatu ku mvo Yo Yonyene Izi, ni na Yo Ishoboye kurema mu kubwira ikintu Iti: "Ba", kigaca kiba ubwo nyene.
[3] Uguhangama kw'Imana Allah ntikugereranywa n'uguhangama kw'ibiremwa.

8. Mu nyuma, Iraheza Igira uruvyaro rwa Adamu kuba rurondoka biciye mw'ima ry'intanga zigayitse;

ثُمَّ جَعَلَ نَسۡلَهُۥ مِن سُلَٰلَةٖ مِّن مَّآءٖ مَّهِينٖ ٨

9. Hanyuma Itunganya iremwa ry'umuntu mu ndemo ibereye, Iranarungika n'umumalayika amuhuhiramwo inkomoko y'ubuzima "Roho" iturutse kuri Yo. Bant! Yaranabahaye ubushobozi bwo kwumva no kubona, kugira mutandukanye amajwi mwumva n'amabara mubona, n'ibindi; Ibaha n'umushaha kugira mutahure, muheze mumenye gutandukanya iciza n'ikibi. Burya rero mushima gake!

ثُمَّ سَوَّىٰهُ وَنَفَخَ فِيهِ مِن رُّوحِهِۦۖ وَجَعَلَ لَكُمُ ٱلسَّمۡعَ وَٱلۡأَبۡصَٰرَ وَٱلۡأَفۡـِٔدَةَۚ قَلِيلٗا مَّا تَشۡكُرُونَ ٩

10. Ababangikanyamana bahakana bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa, barinamuye bavuga bati: "Aho ga ntuze, nitwamara gucika ivu mu kuzimu, burya tuzoremwa bushasha tuzuke!". Ahubwo rero, bamirira kure izurwa ry'ibiremwa, kuko bahakana bivuye inyuma ko batazohura n'Imana yabo Rurema Allah ku musi w'izuka.

وَقَالُوٓاْ أَءِذَا ضَلَلۡنَا فِي ٱلۡأَرۡضِ أَءِنَّا لَفِي خَلۡقٖ جَدِيدِۢۚ بَلۡ هُم بِلِقَآئِ رَبِّهِمۡ كَٰفِرُونَ ١٠

11. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Umumalayika ajejwe urupfu ari na we abashinzwe, azobakuramwo imishaha ikiringo co kubaho kwanyu nicahera, muce mupfa, hanyuma musubizwe ku Mana yanyu Rurema Allah kugira Ibahembere ivyo mwakoze; ineza ku ciza canke inabi ku kibi".

۞قُلۡ يَتَوَفَّىٰكُم مَّلَكُ ٱلۡمَوۡتِ ٱلَّذِي وُكِّلَ بِكُمۡ ثُمَّ إِلَىٰ رَبِّكُمۡ تُرۡجَعُونَ ١١

12. Muntu! Iyo uba wobona ukuntu abanyavyaha bahakana bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa, bicurikiriye bajumarariwe n'ibiteterwe n'akantu ku Mana Yabo Rurema Allah, ico gihe wobonye igitangaza giteye ubwoba; igihe bavuze bati: "Mana yacu Rurema Allah! Twabonye ibibi twakoze, twumvise n'ukuri ivyo Intumwa zawe zahora ziturarikira kw'isi, ni ukuri turigaye. Turagusavye rero Udusubize kw'isi maze dukore ivyiza bitegetswe. Mu vy'ukuri, twemeye ata guhigimanga ivyo twahora duhakana twivuye inyuma kw'isi".

وَلَوۡ تَرَىٰٓ إِذِ ٱلۡمُجۡرِمُونَ نَاكِسُواْ رُءُوسِهِمۡ عِندَ رَبِّهِمۡ رَبَّنَآ أَبۡصَرۡنَا وَسَمِعۡنَا فَٱرۡجِعۡنَا نَعۡمَلۡ صَٰلِحًا إِنَّا مُوقِنُونَ ١٢

13. Iyo rero Twebwe Allah Dushaka, ni ukuri Twari gushoboza umwumwe wese mu babangikanyamana kwemera, akaba umugororotsi, ariko rero bamaze kwagirwa n'ijambo ry'ukuri rivuye kuri Jewe Allah, ko Ntegerezwa kwuzuza umuriro wa Jahannamu abagarariji bose bakomoka mu bantu no mu majini, kuko bahisemwo ubuhuvyi;

وَلَوۡ شِئۡنَا لَأٓتَيۡنَا كُلَّ نَفۡسٖ هُدَىٰهَا وَلَٰكِنۡ حَقَّ ٱلۡقَوۡلُ مِنِّي لَأَمۡلَأَنَّ جَهَنَّمَ مِنَ ٱلۡجِنَّةِ وَٱلنَّاسِ أَجۡمَعِينَ ١٣

14. Igihe co gutabwa mu muriro, bazobwirwa ku gashinyaguro n'akantu bati: "Nimwumvirize rero ibihano bitewe n'igotwa ryanyu ryatumye mwibagira kwitegurira umusi wanyu w'izuka, mu vy'ukuri kuri uno musi, Twebwe Allah Turabirengagije, nimwumvirize nyabuna ku vyo

فَذُوقُواْ بِمَا نَسِيتُمۡ لِقَآءَ يَوۡمِكُمۡ هَٰذَآ إِنَّا نَسِينَٰكُمۡۖ وَذُوقُواْ عَذَابَ ٱلۡخُلۡدِ بِمَا كُنتُمۡ تَعۡمَلُونَ ١٤

mwahora mukora, ibihano vyamaho mu muriro wa Jahannamu”.

15. Burya, abemera Aayah zacu za Qor’ani bakanagendera vy’ukuri ibirimwo, ni barya iyo bibukijwe canke basomewe nya Aayah, bashoka bubama ku ruhanga, bagaheza muri nya kwubama bagashimagiza Imana yabo Rurema Allah, bayininahaza bayitazira, kandi ntibagira amanyama ngo banke kwubamira Imana Imwe Rudende Allah[1];

إِنَّمَا يُؤۡمِنُ بِـَٔايَٰتِنَا ٱلَّذِينَ إِذَا ذُكِّرُواْ بِهَا خَرُّواْ سُجَّدٗا وَسَبَّحُواْ بِحَمۡدِ رَبِّهِمۡ وَهُمۡ لَا يَسۡتَكۡبِرُونَ ١٥

16. Baravyuka bakigira kure y’uburiri basenga mu gicugu, basaba Imana yabo Rurema Allah ku gutinya ibihano vyayo, baziga n’indishi kuri Yo; no mu vyo Twabaronkeje, baratanga mu bikorwa vy’igamburukiramana.

تَتَجَافَىٰ جُنُوبُهُمۡ عَنِ ٱلۡمَضَاجِعِ يَدۡعُونَ رَبَّهُمۡ خَوۡفٗا وَطَمَعٗا وَمِمَّا رَزَقۡنَٰهُمۡ يُنفِقُونَ ١٦

17. Nta muntu n’umwe rero azi ivyategekanirijwe abemeramana mu vyiza biri aho vy'akaroruhore, biryoheye ijisho bikeza n’umutima. Iyo, ni yo ndishi ku vyiza bamye bakora kw’isi.

فَلَا تَعۡلَمُ نَفۡسٞ مَّآ أُخۡفِيَ لَهُم مِّن قُرَّةِ أَعۡيُنٖ جَزَآءَۢ بِمَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ١٧

18. Mbega burya umwemeramana agamburukira Imana Allah akizera n’isezerano ryayo, ni nk’ikigaba kigarariza Imana Allah kigahakana civuye inyuma Intumwa n’umusi w’iherezo! Ihibambewe, ntibanganya ubutore.

أَفَمَن كَانَ مُؤۡمِنٗا كَمَن كَانَ فَاسِقٗاۚ لَّا يَسۡتَوُۥنَ ١٨

19. Abemeye rero Imana Allah bagakora n’ivyiza bitegetswe, barategekanirijwe imirima yo mu Bwami bw’ijuru bazoshikiramwo, ni yo ndishi ku vyiza bamye bakora kw’isi;

أَمَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ فَلَهُمۡ جَنَّٰتُ ٱلۡمَأۡوَىٰ نُزُلَۢا بِمَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ١٩

20. Nayo ibigaba vyarenze ku mabwirizwa y’Imana Allah, ubushikiro bwavyo ni mu muriro wa Jahannamu. Igihe cose bagerageje kuwuhunga ngo bawuvemwo bazokubitirwa gusubirayo, maze babwirwe n’agashinyaguro n’akantu bati: “Nimwumvirize nyabuna ibihano vy’umuriro mwahora muhakana muvuga ko bitabaho!”.

وَأَمَّا ٱلَّذِينَ فَسَقُواْ فَمَأۡوَىٰهُمُ ٱلنَّارُۖ كُلَّمَآ أَرَادُوٓاْ أَن يَخۡرُجُواْ مِنۡهَآ أُعِيدُواْ فِيهَا وَقِيلَ لَهُمۡ ذُوقُواْ عَذَابَ ٱلنَّارِ ٱلَّذِي كُنتُم بِهِۦ تُكَذِّبُونَ ٢٠

21. Ni ukuri Twebwe Allah, Tuzohonja ibigaba bihakana bikarenga ku mabwirizwa yacu, ibihano vy’ubwoko bwose; ibihano bitobito vy’ivyago n’amagorwa kw’isi imbere yuko bihabwa mu muriro ibihano rutura ku musi w’izuka; ivyo bikaba ari mu ntumbero yo kugira vyisubireko bigaruke vyigaye ivyaha vyavyo ku Mana Allah.

وَلَنُذِيقَنَّهُم مِّنَ ٱلۡعَذَابِ ٱلۡأَدۡنَىٰ دُونَ ٱلۡعَذَابِ ٱلۡأَكۡبَرِ لَعَلَّهُمۡ يَرۡجِعُونَ ٢١

22. Nta n’umwe rero arenganya akimonogoza gusumba uwibutswa ku vyemezo vy’Imana yiwe Rurema Allah, hanyuma akavyirengagiza. Mu vy’ukuri Twebwe Allah, Tuzokwihora mu guhana ibigaba birenga ku mabwirizwa yacu.

وَمَنۡ أَظۡلَمُ مِمَّن ذُكِّرَ بِـَٔايَٰتِ رَبِّهِۦ ثُمَّ أَعۡرَضَ عَنۡهَآۚ إِنَّا مِنَ ٱلۡمُجۡرِمِينَ مُنتَقِمُونَ ٢٢

[1] Iyo uhejeje gusoma iyi Aayah, uca wubama incuro imwe.

23. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, Twarahaye Musa Igitabu ca Tawurati nk'uko Twaguhaye Qor'ani; ntugire rero impungenge zo guhura na Musa mu rugendo rw'ijoro n'irerurwa ryo kuduga mw'ijuru. Kukaba nkako, Tawurati Twayigize uburongozi kuri Bene Israyeli.

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَا مُوسَى ٱلْكِتَٰبَ فَلَا تَكُن فِى مِرْيَةٍ مِّن لِّقَآئِهِۦ ۖ وَجَعَلْنَٰهُ هُدًى لِّبَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ﴿٢٣﴾

24. Twaranagize muri Bene Israyeli indongozi ziganwa n'abandi mw'idini, zikanabararikira kwemera no gusenga Imana Imwe Rudende Allah. Iryo teka Twaribateye igihe bihanganira kwubahiriza amabwirizwa yacu, bakaba baremera koko n'ivyemezo vyacu.

وَجَعَلْنَا مِنْهُمْ أَئِمَّةً يَهْدُونَ بِأَمْرِنَا لَمَّا صَبَرُوا۟ ۖ وَكَانُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا يُوقِنُونَ ﴿٢٤﴾

25. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, ku musi w'izuka, Imana yawe Rurema Allah Izoca urugororotse hagati y'abemeramana n'abagarariji muri Bene Israyeli, no mu yindi migwi y'abantu ku vyo bamye bahazanako mw'idini, hanyuma Ihembere umwumwe wese muri bo ivyo yakoze.

إِنَّ رَبَّكَ هُوَ يَفْصِلُ بَيْنَهُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ فِيمَا كَانُوا۟ فِيهِ يَخْتَلِفُونَ ﴿٢٥﴾

26. Mbega abahakana Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ntibamenye ko Twebwe Allah Twahoneje hambere yabo imigwi myinshi y'abantu bagarariza, mu gihe birirwa baragendagenda ahahoze imihana yabo, birabira ukuri kwamye ibisigarira vy'ihonywa ryabo! Mu vy'ukuri, muri iryo honywa, ni ukuri harimwo ivyemezo n'inkebuzo vyerekana ukuri kw'Intumwa Twarungitse. Mbega none abahakana Intumwa, ntibokwumva ngo bikebuke!

أَوَلَمْ يَهْدِ لَهُمْ كَمْ أَهْلَكْنَا مِن قَبْلِهِم مِّنَ ٱلْقُرُونِ يَمْشُونَ فِى مَسَٰكِنِهِمْ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ ۖ أَفَلَا يَسْمَعُونَ ﴿٢٦﴾

27. Mbega abahakana izurwa ry'ibiremwa, ntibabonye ko Turungika amazi kw'isi yagadutse igacika ubukumbagare, maze Tukanagisha ibiterwa bitandukanye kw'ibara hakoreshejwe ayo mazi, maze ibitungwa vyabo bigaheza bikarisha, na bo nyene bakavyikorako mu kubifungura! Mbega none, ntibabona ivyo vyose ngo baheze bemere ko Imana Allah Ishoboye no kuzura abapfuye!

أَوَلَمْ يَرَوْا۟ أَنَّا نَسُوقُ ٱلْمَآءَ إِلَى ٱلْأَرْضِ ٱلْجُرُزِ فَنُخْرِجُ بِهِۦ زَرْعًا تَأْكُلُ مِنْهُ أَنْعَٰمُهُمْ وَأَنفُسُهُمْ ۖ أَفَلَا يُبْصِرُونَ ﴿٢٧﴾

28. Ababangikanyamana bihutira kwisabira ibihano, bakavuga bitangaza bati: "None ni ryari isango ry'uguca urugororotse ruzodutandukanya na mwe abemeramana nimwaba muri imvugakuri!".

وَيَقُولُونَ مَتَىٰ هَٰذَا ٱلْفَتْحُ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٢٨﴾

29. Ntumwa y'Imana! Bishure ubabwire uti: "Umusi w'ukubacira urugororotse mugaheza mugahanwa, ni igihe mwashikiwe n'urupfu, aho ukwemera kw'abagararije muri ico gihe ata co kuzobamarira, eka ntibazohabwa n'akanya ngo bigaye ivyaha vyabo".

قُلْ يَوْمَ ٱلْفَتْحِ لَا يَنفَعُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ إِيمَٰنُهُمْ وَلَا هُمْ يُنظَرُونَ ﴿٢٩﴾

30. Ntumwa y'Imana! Birabishe amaso, wirengagize ibangamira ry'ababangikanyamana, uheze urindire ico bagiye kwibonerako, mu vy'ukuri na bo nyene ntibicaye, bararindiriye mu kubategera imisi y'akaga, ariko rero Imana Allah Izobatetereza.

فَأَعْرِضْ عَنْهُمْ وَٱنتَظِرْ إِنَّهُم مُّنتَظِرُونَ ﴿٣٠﴾

33. Al-Ahzaab (Ingabo ziyunze)
Aayah 73, Madina

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِيُّ ٱتَّقِ ٱللَّهَ وَلَا تُطِعِ ٱلۡكَٰفِرِينَ وَٱلۡمُنَٰفِقِينَۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلِيمًا حَكِيمٗا ١

1. Ewe Muvugishwamana! Shishikara ugamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, kugira ubere akarorero keza abemeramana, kandi ntukumvire abagarariji n'indyarya. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora.

وَٱتَّبِعۡ مَا يُوحَىٰٓ إِلَيۡكَ مِن رَّبِّكَۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ بِمَا تَعۡمَلُونَ خَبِيرٗا ٢

2. Uraheza rero ukurikire ivyo uhishurirwa n'Imana yawe Rurema muri Qor'ani hamwe n'imigenzo myiza. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yamye Izi ivyo mukora vyose, ni Yo Muhetuziwavyose.

وَتَوَكَّلۡ عَلَى ٱللَّهِۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ وَكِيلٗا ٣

3. Ishimikize Imana Allah mu kuyizera mu vyawe vyose unayiture, burya Imana Allah Irakwiye kuba Umuhagarikizi w'uwuyizeye.

مَّا جَعَلَ ٱللَّهُ لِرَجُلٖ مِّن قَلۡبَيۡنِ فِي جَوۡفِهِۦۚ وَمَا جَعَلَ أَزۡوَٰجَكُمُ ٱلَّٰٓـِٔي تُظَٰهِرُونَ مِنۡهُنَّ أُمَّهَٰتِكُمۡۚ وَمَا جَعَلَ أَدۡعِيَآءَكُمۡ أَبۡنَآءَكُمۡۚ ذَٰلِكُمۡ قَوۡلُكُم بِأَفۡوَٰهِكُمۡۖ وَٱللَّهُ يَقُولُ ٱلۡحَقَّ وَهُوَ يَهۡدِي ٱلسَّبِيلَ ٤

4. Imana Allah, ntiyigeze Ishira mu gikiriza c'umugabo n'umwe imishaha ibiri, kandi ntiyigeze Igira n'abakenyezi banyu muziririza mu ndahiro[1], kuba ba nyoko basanzwe bazira kuri mwebwe kubabira, ntiyigeze Inagira abana mureze, kuba abana banyu bwite[2]. Iryo ziririzwa ry'abakenyezi n'iry'ukwiyomekera abana mureze, ni iryo mwishingira bivuye mu kanwa kanyu gusa, nta ngingo n'imwe y'Imana Allah rishingiyeko. Burya, Imana Allah Ivuga ukuri, Ikanarongora mu nzira igororotse.

ٱدۡعُوهُمۡ لِأٓبَآئِهِمۡ هُوَ أَقۡسَطُ عِندَ ٱللَّهِۚ فَإِن لَّمۡ تَعۡلَمُوٓاْ ءَابَآءَهُمۡ فَإِخۡوَٰنُكُمۡ فِي ٱلدِّينِ وَمَوَٰلِيكُمۡۚ وَلَيۡسَ عَلَيۡكُمۡ جُنَاحٞ فِيمَآ أَخۡطَأۡتُم بِهِۦ وَلَٰكِن مَّا تَعَمَّدَتۡ قُلُوبُكُمۡۚ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورٗا رَّحِيمٗا ٥

5. Abana mureze rero, murabitirira amazina ya ba se babavyara, ico ni co ciza kandi ni na bwo butungane buva ku Mana Allah. Nimutamenya amazina ya ba se babavyara, muri ico gihe, murabita benewanyu mw'idini n'abanywanyi banyu. Nta n'icaha kuri mwebwe kiri mu vyo mwakosheje mutabigize nkana, ariko Imana Allah Ibahanira ivyo mugize nkana. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

---

[1] Ukuziririza umukenyezi mu ndahiro, ni kurya umugabo abwira umugore wiwe ati: "Wewe kuri jewe uri ikizira nko gusubira ku mugongo w'umuvyeyi wanje amvyara; gusubira kw'ibere". Muri ico gihe rero nya mugore aca aba ikizira kuri we nka nyina amuvyara. Iyo ngingo yubahirizwa ukwo imbere yuko ubwislamu buza, mu nyuma rero iyo ngingo yahavuye ihagarikwa kuko ishingiye ku kinyoma mu kuziririza ibitaziririjwe n'Imana Allah.

[2] Mu bijanye n'ibizira canke ibirekuwe kuri mwebwe; nko mu gutorana canke mu kwabirana.

6. Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), akwiye kwitwararikwa n'abemeramana mu bijanye n'idini n'ubuzima bwo kw'isi, kurusha uko bitwararika ubuzima bwabo. Abakenyezi biwe na bo, ni ba kizira ku bemeramana nka ba nyina babavyara; ntibarekuriwe kubabira mu nyuma yiwe[1]. Incuti zisangiye amaraso mu bislamu, ni zo zikwiye gutorana hagati yazo hisunzwe ingingo z'Imana Allah ziri mu Gitabu, ha gutorana hagati y'abislamu hisunzwe ubucuti bushingiye ku kwemera no ku kwimukira i Madina[2]; kiretse mu gihe mwoshima guha ku bisigi abo mudasangiye amaraso mu bislamu ku bugwaneza. Iyo ngingo rero, yaramaze kwandikwa mu vyagezwe n'Imana Allah mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudhw".

ٱلنَّبِيُّ أَوۡلَىٰ بِٱلۡمُؤۡمِنِينَ مِنۡ أَنفُسِهِمۡۖ وَأَزۡوَٰجُهُۥٓ أُمَّهَٰتُهُمۡۗ وَأُوْلُواْ ٱلۡأَرۡحَامِ بَعۡضُهُمۡ أَوۡلَىٰ بِبَعۡضٖ فِي كِتَٰبِ ٱللَّهِ مِنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ وَٱلۡمُهَٰجِرِينَ إِلَّآ أَن تَفۡعَلُوٓاْ إِلَىٰٓ أَوۡلِيَآئِكُم مَّعۡرُوفٗاۚ كَانَ ذَٰلِكَ فِي ٱلۡكِتَٰبِ مَسۡطُورٗا ٦

7. Muvugishwamana! Ibuka n'igihe Twebwe Allah, Twafata ku Bavugishwamana isezerano ryabo ko bazoshikiriza ubutumwa nk'uko baburungikanwe, Turaheza Dufata nya sezerano nyene kuri wewe, kuri Nuhu, kuri Ibrahimu, kuri Musa no kuri Isa mwene Mariyamu[3]. Kuri abo bose rero, Twafashe isezerano riremereye ryo gushikiriza ubutumwa ata guhigimanga, no kwitsanya ata kuvuguruzanya.

وَإِذۡ أَخَذۡنَا مِنَ ٱلنَّبِيِّـۧنَ مِيثَٰقَهُمۡ وَمِنكَ وَمِن نُّوحٖ وَإِبۡرَٰهِيمَ وَمُوسَىٰ وَعِيسَى ٱبۡنِ مَرۡيَمَۖ وَأَخَذۡنَا مِنۡهُم مِّيثَٰقًا غَلِيظٗا ٧

8. Imana Allah Yafashe isezerano kuri abo Bavugishwamana kugira Izobabaze ku kungene bumviwe n'abo barungitsweko, Iheze Ihembe abemeramana Ubwami bw'ijuru, Yaranategekanirije abagarariji ibihano bibabaza ku musi w'izuka.

لِّيَسۡـَٔلَ ٱلصَّٰدِقِينَ عَن صِدۡقِهِمۡۚ وَأَعَدَّ لِلۡكَٰفِرِينَ عَذَابًا أَلِيمٗا ٨

9. Emwe bemeramana! Nimwibuke inema y'Imana Allah kuri mwebwe; igihe mwaterwa n'ingabo ziyunze zigizwe n'ababangikanyamana baje bava i Makka, abayahudi b'i Madina hamwe rero n'abo mu micungararo yaho, zikabatera i Madina ku rugamba rwitiriwe ingabo ziyunze "Ahzaabu", maze Tuzirungikira umuyaga w'igihuhusi warandaguye ukagurura ibikoresho vyazo, Tukarungika n'ingabo z'abamalayika zivuye mw'ijuru mutigeze muzibona, gutyo nya ngabo ziyunze zitekerwa n'ubwoba n'akantu, zirata ziromoka imbere yuko n'urugamba

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱذۡكُرُواْ نِعۡمَةَ ٱللَّهِ عَلَيۡكُمۡ إِذۡ جَآءَتۡكُمۡ جُنُودٞ فَأَرۡسَلۡنَا عَلَيۡهِمۡ رِيحٗا وَجُنُودٗا لَّمۡ تَرَوۡهَاۚ وَكَانَ ٱللَّهُ بِمَا تَعۡمَلُونَ بَصِيرًا ٩

[1] Iyi Aayah, yigisha umwislamu ko abwirizwa gukunda Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) kurusha uko yikunda, maze akamwumvira bikwiye; abwirizwa no kwubaha akubahiriza n'abakenyezi biwe; ntabatyoze canke ngo abatuke.

[2] Mu ntango y'ubwislamu, abislamu batorana hagati yabo bisunze ubucuti bwo kwemera no kwimukira i Madina. Iyi ngingo rero, yakuweho n'ingingo zitunganya itorana hagati yabo hisunzwe ubucuti bw'amaraso.

[3] Abo Bavugishwamana batanu, ni zo Ntumwa z'Inararibonye zihambaye, zatewe n'iteka kurusha izindi "Ulu l'azmi".

rutangura. Burya Imana Allah, Yamye Ibona neza ivyo mukora, ni Nyenukubona.

إِذْ جَآءُوكُم مِّن فَوْقِكُمْ وَمِنْ أَسْفَلَ مِنكُمْ وَإِذْ زَاغَتِ ٱلْأَبْصَٰرُ وَبَلَغَتِ ٱلْقُلُوبُ ٱلْحَنَاجِرَ وَتَظُنُّونَ بِٱللَّهِ ٱلظُّنُونَا۠ ﴿١٠﴾

10. Nimwibuke kandi igihe zimwe muri nya ngabo ziyunze zije zizananye amaja haruguru y'akabande mu buseruko, izindi zikazanana amaja epfo ya nya kabande mu burengero, maze amaso arakanuka, imitima yenda kubavamwo kubera ubwoba, mugatangura kwiyumvira nabi Imana Allah ko Idatabara idini ryayo ngo riganze.

هُنَالِكَ ٱبْتُلِىَ ٱلْمُؤْمِنُونَ وَزُلْزِلُوا۟ زِلْزَالًا شَدِيدًا ﴿١١﴾

11. Aho rero, ni ho abemeramana bageragezwa nya kugeragezwa, barahungabana nya guhungabana, haraheza hamenyekana umwemeramana vy'ukuri n'indyarya;

وَإِذْ يَقُولُ ٱلْمُنَٰفِقُونَ وَٱلَّذِينَ فِى قُلُوبِهِم مَّرَضٌ مَّا وَعَدَنَا ٱللَّهُ وَرَسُولُهُۥٓ إِلَّا غُرُورًا ﴿١٢﴾

12. Igihe indyarya hamwe n'abagoyagoya mu kwemera binamura bavuga bati: "Intsinzi Imana Allah n'Intumwa yayo Badusezeraniye, ni uruhendo nta kuri kurimwo namba".

وَإِذْ قَالَت طَّآئِفَةٌ مِّنْهُمْ يَٰٓأَهْلَ يَثْرِبَ لَا مُقَامَ لَكُمْ فَٱرْجِعُوا۟ ۚ وَيَسْتَـْٔذِنُ فَرِيقٌ مِّنْهُمُ ٱلنَّبِىَّ يَقُولُونَ إِنَّ بُيُوتَنَا عَوْرَةٌ وَمَا هِىَ بِعَوْرَةٍ ۖ إِن يُرِيدُونَ إِلَّا فِرَارًا ﴿١٣﴾

13. Muvugishwamana! Ibuka n'igihe zimwe mu ndyarya zahamagara abemeramana b'i Madina zikababwira ziti: "Bantu muba i Yath-ribu[1]! Nta co murindiriye mu kuguma ku rugamba mutari butsinde, turabinginze mwisubirire mu zanyu!". Hari n'umugwi muri nya ndyarya wasavye Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ko yowurekurira ugasubira inyuma ku mvo z'uko imiryango yawo idakingiwe bikwiye kandi ubesha. Uwo mugwi nta co warondera mu gusaba ko wosubira inyuma, atari uguhunga urugamba.

وَلَوْ دُخِلَتْ عَلَيْهِم مِّنْ أَقْطَارِهَا ثُمَّ سُئِلُوا۟ ٱلْفِتْنَةَ لَـَٔاتَوْهَا وَمَا تَلَبَّثُوا۟ بِهَآ إِلَّا يَسِيرًا ﴿١٤﴾

14. Iyo ingabo ziyunze zitera i Madina ziturutse ku mpande zose, hanyuma zikagerageza indyarya mu kuzisaba kuva mw'idini, aho nyene izo ndyarya zaca ziva mw'idini, ntizari no kurindira n'akanya isase.

وَلَقَدْ كَانُوا۟ عَٰهَدُوا۟ ٱللَّهَ مِن قَبْلُ لَا يُوَلُّونَ ٱلْأَدْبَٰرَ ۚ وَكَانَ عَهْدُ ٱللَّهِ مَسْـُٔولًا ﴿١٥﴾

15. Ni ukuri, izo ndyarya imbere yuko urugamba rw'ingabo ziyunze rushuha, zari zahaye Intumwa isezerano ryo kwumvira Imana Allah mu kudahunga urugamba, iryo dohoka n'ihemuka kw'isezerano rero, zizorihanirwa. Burya, umuntu azobazwa kw'isezerano ry'Imana Allah.

قُل لَّن يَنفَعَكُمُ ٱلْفِرَارُ إِن فَرَرْتُم مِّنَ ٱلْمَوْتِ أَوِ ٱلْقَتْلِ وَإِذًا لَّا تُمَتَّعُونَ إِلَّا قَلِيلًا ﴿١٦﴾

16. Muvugishwamana! Bwira indyarya uti: "Ihunga ryanyu ry'urugamba ku mvo zo gutinya urupfu canke ukwicwa, ntirizotuma murenga umusi warwo hageze gupfa, kandi ntimuzoryoherwa n'ivy'isi, kiretse akanya gato mwagenewe kubaho hanyuma mupfe, ni n'akanya gato cane katogereranywa n'ubuzima bw'inyuma yo gupfa".

[1] Yath-ribu, ni ryo zina ry'igisagara ca Madina imbere yuko Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) acita Madina.

17. Muvugishwamana! Bwira indyarya uti: “Mbega ni nde yobakingira ku Mana Allah mu gihe Yoshaka ko mushikirwa n’ikibi, canke Igashaka ko mushikirwa n’iciza ku mpuhwe zayo!”. Muri ico gihe rero, indyarya nta muhagarikizi zoronka atari Imana Allah azikura mu bihano, eka nta n’umutabazi zoronka azikingira nya bihano.

قُلْ مَن ذَا ٱلَّذِى يَعْصِمُكُم مِّنَ ٱللَّهِ إِنْ أَرَادَ بِكُمْ سُوٓءًا أَوْ أَرَادَ بِكُمْ رَحْمَةً ۚ وَلَا يَجِدُونَ لَهُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ وَلِيًّا وَلَا نَصِيرًا ﴿١٧﴾

18. Ni ukuri Imana Allah, Irazi muri mwebwe abarondera inyendamuvano yo kutaja ku rugamba rwo guharanira idini ryayo, Irazi n’ababesha benewabo ngo barwiyonjororeko bakababwira bati: “Enda nyabuna rero, nimwiyizire iwacu muve kuri Muhamadi, ntimuzojane na we ku rugamba ngo muhave muhasiga agatwe!”. Hamwe n’ukurondera abokwiyonjorora ku rugamba rero, ntibaja no ku rugamba, kiretse gake kabaho ku kwiyerekana no ku gutinya kumaramara;

۞قَدْ يَعْلَمُ ٱللَّهُ ٱلْمُعَوِّقِينَ مِنكُمْ وَٱلْقَآئِلِينَ لِإِخْوَٰنِهِمْ هَلُمَّ إِلَيْنَا ۖ وَلَا يَأْتُونَ ٱلْبَأْسَ إِلَّا قَلِيلًا ﴿١٨﴾

19. Muzobamenyera rero ku kuba ari ingumyi, nta co bikura mu matungo ngo babahereze, ntibanitanga mu guharanira idini no mu kubereka urukundo ku kubera urwanko n’inzigo babafitiye, ku gukunda ivy’isi no ku kwanka gupfa. Iyo hageze guhangana ku rugamba, baratinya gupfa amaso akababakanukana, ukabona bakuraba, amaso yabo akarerembuza nk’uwuri ku mpfiro; urugamba rwamara guhera, imitima yabo igasubira mu nda, bakababaha akarimi kabi mu kubatyoza no mu kubandagaza, bakaba n’ingumyi zirangwa n’ishari n’akantu mu gihe co kugabangana iminyago. Abo rero, ntibaremera vy’ukuri, gutyo Imana Allah Iraheza Ikagira ibikorwa vyabo impfagusa, kandi ukugira ivyo bikorwa vyabo impfagusa, biroroshe ku Mana Allah.

أَشِحَّةً عَلَيْكُمْ ۖ فَإِذَا جَآءَ ٱلْخَوْفُ رَأَيْتَهُمْ يَنظُرُونَ إِلَيْكَ تَدُورُ أَعْيُنُهُمْ كَٱلَّذِى يُغْشَىٰ عَلَيْهِ مِنَ ٱلْمَوْتِ ۖ فَإِذَا ذَهَبَ ٱلْخَوْفُ سَلَقُوكُم بِأَلْسِنَةٍ حِدَادٍ أَشِحَّةً عَلَى ٱلْخَيْرِ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ لَمْ يُؤْمِنُوا۟ فَأَحْبَطَ ٱللَّهُ أَعْمَٰلَهُمْ ۚ وَكَانَ ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ يَسِيرًا ﴿١٩﴾

20. Indyarya ku bugugu bwazo, zibaza ko ingabo ziyunze zaneshejwe ata n’urugamba rurinze kuba, ata ho zagiye, kandi zarataye urugamba zikomoka. Iyo rero nya ngabo zigaruka gutera i Madina, indyarya zari kwipfuza kuba ziri kumwe n’abantu baba mu micungararo y’i Madina, aho zari kubariza kure, ku nkuru z’ivyabashikiye ku rugamba; n'iyo vyari gushika zikaba ziri kumwe na mwe ku rugamba, ntizari gupfa zibafashije kurwana kiretse gake.

يَحْسَبُونَ ٱلْأَحْزَابَ لَمْ يَذْهَبُوا۟ ۖ وَإِن يَأْتِ ٱلْأَحْزَابُ يَوَدُّوا۟ لَوْ أَنَّهُم بَادُونَ فِى ٱلْأَعْرَابِ يَسْـَٔلُونَ عَنْ أَنۢبَآئِكُمْ ۖ وَلَوْ كَانُوا۟ فِيكُم مَّا قَٰتَلُوٓا۟ إِلَّا قَلِيلًا ﴿٢٠﴾

21. Bemeramana! Ni ukuri, murafise akarorero keza mwokwisunga mu nyigisho no mu migenzo vy’intumwa. Uwisunga rero inyigisho n’imigenzo vy’intumwa, ni uwizeye ko azohura n’Imana Allah, akemera n’umusi w’iherezo, maze akaninahaza akanatazira Imana Allah kenshi ayishimira.

لَّقَدْ كَانَ لَكُمْ فِى رَسُولِ ٱللَّهِ أُسْوَةٌ حَسَنَةٌ لِّمَن كَانَ يَرْجُوا۟ ٱللَّهَ وَٱلْيَوْمَ ٱلْءَاخِرَ وَذَكَرَ ٱللَّهَ كَثِيرًا ﴿٢١﴾

22. Abemeramana rero, aho baboneye ingabo ziyunze zamaze kwugariza i Madina, baributse isezerano ry'intsinzi y'Imana Allah ko igiye gushika, baraheza bavuga bati: "Iri, ni rya sezerano ry'igeragezwa n'intsinzi twahawe n'Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo, Imana Allah Yarishize mu ngiro, n'Intumwa yayo yavuze ukuri mu vyo yadushikirije". Umuzo w'ingabo ziyunze rero, nta co wabongerereje kiretse ugutsimbatara ku kwemera Imana Allah, no ku kwicisha bugufi mu kwakira neza ishirwa mu ngiro ry'ivyagezwe kuri bo.

وَلَمَّا رَءَا ٱلْمُؤْمِنُونَ ٱلْأَحْزَابَ قَالُوا۟ هَٰذَا مَا وَعَدَنَا ٱللَّهُ وَرَسُولُهُۥ وَصَدَقَ ٱللَّهُ وَرَسُولُهُۥ ۚ وَمَا زَادَهُمْ إِلَّآ إِيمَٰنًا وَتَسْلِيمًا ﴿٢٢﴾

23. Burya mu bemeramana, harimwo abagabo babushitse (b'ijunja n'ijambo), bubahiriza ivyo basezeraniye Imana Allah, bakihangana mu mahirwe no mu marushwa, no mu gihe bari ku rugamba. Muri bo rero, harimwo abashize mu ngiro ivyo biyemeje bapfira ku rugamba ku bw'Imana Allah, canke bapfa bakiri kuri nya sezerano bataridohotseko; harimwo n'abakirindiriye kuronka kimwe mu vyiza bibiri: intsinzi canke gupfira ku rugamba ku bw'Imana Allah; kandi ntibigeze na rimwe bivuguruza nk'indyarya ngo badohoke ku vyo basezeraniye Imana Allah;

مِّنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ رِجَالٌ صَدَقُوا۟ مَا عَٰهَدُوا۟ ٱللَّهَ عَلَيْهِ ۖ فَمِنْهُم مَّن قَضَىٰ نَحْبَهُۥ وَمِنْهُم مَّن يَنتَظِرُ ۖ وَمَا بَدَّلُوا۟ تَبْدِيلًا ﴿٢٣﴾

24. Ivyo biri ukwo, kugira Imana Allah Ihembere imvugakuri z'abemeramana ukwubahiriza isezerano no kwihangana ku bwayo, Iheze Ihane n'indyarya niyabishaka mu kutazishoboza kwigaya imbere yo gupfa, canke Izibabarire mu kuzishoboza kwigaya kuri Yo imbere yo gupfa. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yamye ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

لِّيَجْزِىَ ٱللَّهُ ٱلصَّٰدِقِينَ بِصِدْقِهِمْ وَيُعَذِّبَ ٱلْمُنَٰفِقِينَ إِن شَآءَ أَوْ يَتُوبَ عَلَيْهِمْ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿٢٤﴾

25. Imana Allah Yasubije inyuma ingabo ziyunze ziteterewe zishwe n'ishavu n'akantu ku kudashika ku co zipfuje; nta n'iciza zaronse kuri nya rugamba, haba kw'isi canke mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Imana Allah Iraheza Ikingira abemeramana kurwana kuri nya rugamba ku bubasha bwayo. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyeninguvu, Nyenintsinzi-Mutaneshwa.

وَرَدَّ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ بِغَيْظِهِمْ لَمْ يَنَالُوا۟ خَيْرًا ۚ وَكَفَى ٱللَّهُ ٱلْمُؤْمِنِينَ ٱلْقِتَالَ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ قَوِيًّا عَزِيزًا ﴿٢٥﴾

26. Ni naho rero Imana Allah, Yakura abayahudi Bene Quraidhwa mu nzitiro-ntamenwa zabo, ku kubera ubugaba bwabo bwo gufadikanya n'ingabo ziyunze mu kurwanya abislamu, Iraheza Itera n'ubwoba mu mitima yabo bashoka baneshwa. Bemeramana! Muri bo rero, harimwo umugwi mwishe n'uwundi mwagize imbohe;

وَأَنزَلَ ٱلَّذِينَ ظَٰهَرُوهُم مِّنْ أَهْلِ ٱلْكِتَٰبِ مِن صَيَاصِيهِمْ وَقَذَفَ فِى قُلُوبِهِمُ ٱلرُّعْبَ فَرِيقًا تَقْتُلُونَ وَتَأْسِرُونَ فَرِيقًا ﴿٢٦﴾

27. Yaranabakomoreye amatongo n'inyubakwa vyabo, Ibakomorera kandi amatungo yimurwa n'ayatimurwa; Inabashoboza kwigarurira n'amatongo yabo mutari bwigere muhonyozamwo n'ikirenge kuko mutari kuyahangara, kubera yari akingiwe mu buryo budasanzwe. Burya Imana Allah Yamye ari Mushoboravyose.

وَأَوْرَثَكُمْ أَرْضَهُمْ وَدِيَٰرَهُمْ وَأَمْوَٰلَهُمْ وَأَرْضًا لَّمْ تَطَـُٔوهَا ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرًا ﴿٢٧﴾

28. Ewe Muvugishwamana! Bwira abakenyezi bawe baguteraniyeko basaba kwongererezwa ibibabeshaho ku musi, uti: "Nimwaba mugomba ubuzima bwo kw'isi n'ibihendamaso vyabwo, enda nimuze rero ndabatekerere, mpeze nahukane na mwe ku neza;

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِىُّ قُل لِّأَزْوَٰجِكَ إِن كُنتُنَّ تُرِدْنَ ٱلْحَيَوٰةَ ٱلدُّنْيَا وَزِينَتَهَا فَتَعَالَيْنَ أُمَتِّعْكُنَّ وَأُسَرِّحْكُنَّ سَرَاحًا جَمِيلًا ﴿٢٨﴾

29. Nimwaba naho mugomba gushimwa n'Imana Allah n'Intumwa yayo, no kuronka ivyo mwategekanirijwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa, nimwihanganire kubeshwaho n'ivyo ndabahaye, muheze mwumvire Imana Allah n'Intumwa yayo; mu vy'ukuri Imana Allah, Yarateguriye abagwaneza muri mwebwe impembo ihambaye[1]".

وَإِن كُنتُنَّ تُرِدْنَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَٱلدَّارَ ٱلْـَٔاخِرَةَ فَإِنَّ ٱللَّهَ أَعَدَّ لِلْمُحْسِنَٰتِ مِنكُنَّ أَجْرًا عَظِيمًا ﴿٢٩﴾

30. Bakenyezi b'Umuvugishwamana! Uwuhirahiye muri mwebwe agacumura bimwe bigaragara, azohabwa igihano kigwijwe incuro zibiri[2]. Kandi uguhabwa ico gihano kwanyu, kuroroshe ku Mana Allah.

يَٰنِسَآءَ ٱلنَّبِىِّ مَن يَأْتِ مِنكُنَّ بِفَٰحِشَةٍ مُّبَيِّنَةٍ يُضَٰعَفْ لَهَا ٱلْعَذَابُ ضِعْفَيْنِ ۚ وَكَانَ ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ يَسِيرًا ﴿٣٠﴾

31. N'uwumviye Imana Allah n'Intumwa yayo muri mwebwe, agakora n'iciza gitegetswe, Tuzomuhembera ico ciza impembo igwijwe incuro zibiri; Twaranamutegekanirije n'impano zubashwe kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru.

۞ وَمَن يَقْنُتْ مِنكُنَّ لِلَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَتَعْمَلْ صَٰلِحًا نُّؤْتِهَآ أَجْرَهَا مَرَّتَيْنِ وَأَعْتَدْنَا لَهَا رِزْقًا كَرِيمًا ﴿٣١﴾

32. Bakenyezi b'Umuvugishwamana! Nta ho musa musana n'uwo wese mu bandi bakenyezi mu mpano no mu cubahiro mwagenewe, mu gihe mwokwumvira Intumwa, mukagamburukira n'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo; ntimukaganire rero n'abagabo batari ba kizira kuri mwebwe, mw'ijwi rirongorotse ryotirimutsa uwufise indwara mu mutima, bigatuma agira ikigumbagumba maze akipfuza imibonano mpuzabitsina[3]. Muraheza rero mukoreshe imvugo idatera amakenga, itanateye kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah;

يَٰنِسَآءَ ٱلنَّبِىِّ لَسْتُنَّ كَأَحَدٍ مِّنَ ٱلنِّسَآءِ إِنِ ٱتَّقَيْتُنَّ ۚ فَلَا تَخْضَعْنَ بِٱلْقَوْلِ فَيَطْمَعَ ٱلَّذِى فِى قَلْبِهِۦ مَرَضٌ وَقُلْنَ قَوْلًا مَّعْرُوفًا ﴿٣٢﴾

[1] Abakenyezi b'Intumwa rero, bahavuye bahitamwo Imana Allah n'Intumwa yayo hamwe n'impembo ihambaye bateguriwe, baraheza barihangana.

[2] Uguhabwa igihano kigwijwe incuro zibiri, gushingiye ku kuba bitabereye namba ku bakenyezi b'Intumwa gukora igicumuro kigaragara, kuko bafise ikibanza c'iteka n'icubahiro nta ngere co kuba abakenyezi b'Intumwa y'Imana.

[3] Uru rupfasoni rwo kuganira, ni ingingo yega umugore wese yemera Imana Allah, akemera n'umusi w'iherezo.

33. Muheze mutururе mu kuguma mu zanyu, kiretse mu gihe hoba hari igituma mwosohoka. Kandi ntimukerekane ibisharizo mwambaye n'ibiranga ubwiza bwanyu, nk'uko abakenyezi babigira imbere yuko hashingwa amabwirizwa y'ubwislamu. Muratsimbataza amasengesho akwije ibisabwa ku mwanya wayo, muheze mutange n'ishikanwa-bwirizwa, maze mwumvire Imana Allah n'Intumwa yayo. Emwe banyamuryango w'Intumwa[1]! Ni ukuri Imana Allah, Ibahanura kugira Ibeze akabi n'akabibi mu mitima yanyu, Yongere Ibasukure isuku ry'ibiboneka n'isuku ry'umushaha;

وَقَرْنَ فِي بُيُوتِكُنَّ وَلَا تَبَرَّجْنَ تَبَرُّجَ ٱلْجَٰهِلِيَّةِ ٱلْأُولَىٰ ۖ وَأَقِمْنَ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتِينَ ٱلزَّكَوٰةَ وَأَطِعْنَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥٓ ۚ إِنَّمَا يُرِيدُ ٱللَّهُ لِيُذْهِبَ عَنكُمُ ٱلرِّجْسَ أَهْلَ ٱلْبَيْتِ وَيُطَهِّرَكُمْ تَطْهِيرًا ﴿٣٣﴾

34. Murama mwibuka rero ibisomerwa mu nzu zanyu muri Qor'ani n'inyigisho z'intumwa, muheze muvyubahirize, mubigendere. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Rumenyi-Rudahishwa, Irazi neza ibibafitiye akamaro; Muhetuziwavyose, Irazi n'igituma Yarabashingiye Intumwa.

وَٱذْكُرْنَ مَا يُتْلَىٰ فِي بُيُوتِكُنَّ مِنْ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ وَٱلْحِكْمَةِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ لَطِيفًا خَبِيرًا ﴿٣٤﴾

35. Mu vy'ukuri, abislamu n'abislamukazi, abemeramana n'abemeramanakazi, abumviramana n'abumviramanakazi, imvugakuri mu bagabo no mu bagore, abihanganira igamburukiramana n'ivyago bibashikira muri bo, abatinya Imana Allah muri bo, abatanga muri bo ishikanwa-bwirizwa n'imperezwa, abipfunga muri bo amapfungo-bwirizwa n'amapfungo yo kwitonesha, abacungera ubwambure bwabo muri bo mu kudasambana no mu kutagira ivyotuma haba ubusambanyi, hamwe rero n'abaninahaza bagatazira kenshi Imana Allah mu buryo bwose mu bagabo no mu bagore; abo bose rero, Imana Allah Yabategekanirije igumirizwa ry'akabanga ku vyaha, Iraheza Irababababarira; Yabategekanirije n'ironswa ry'indishi ihambaye y'Ubwami bw'ijuru.

إِنَّ ٱلْمُسْلِمِينَ وَٱلْمُسْلِمَٰتِ وَٱلْمُؤْمِنِينَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتِ وَٱلْقَٰنِتِينَ وَٱلْقَٰنِتَٰتِ وَٱلصَّٰدِقِينَ وَٱلصَّٰدِقَٰتِ وَٱلصَّٰبِرِينَ وَٱلصَّٰبِرَٰتِ وَٱلْخَٰشِعِينَ وَٱلْخَٰشِعَٰتِ وَٱلْمُتَصَدِّقِينَ وَٱلْمُتَصَدِّقَٰتِ وَٱلصَّٰٓئِمِينَ وَٱلصَّٰٓئِمَٰتِ وَٱلْحَٰفِظِينَ فُرُوجَهُمْ وَٱلْحَٰفِظَٰتِ وَٱلذَّٰكِرِينَ ٱللَّهَ كَثِيرًا وَٱلذَّٰكِرَٰتِ أَعَدَّ ٱللَّهُ لَهُم مَّغْفِرَةً وَأَجْرًا عَظِيمًا ﴿٣٥﴾

36. Nta ho vyakabaye mu gihe Imana Allah n'Intumwa yayo bashinze ingingo, ko umwemeramana n'umwemeramanakazi baca kubiri na nya ngingo bakishirira ahabo. Uwo wese rero agabitaniye Imana Allah n'Intumwa yayo, ni ukuri aba ari mu muzimagiza ugaragara uri kure cane y'ukuri.

وَمَا كَانَ لِمُؤْمِنٍ وَلَا مُؤْمِنَةٍ إِذَا قَضَى ٱللَّهُ وَرَسُولُهُۥٓ أَمْرًا أَن يَكُونَ لَهُمُ ٱلْخِيَرَةُ مِنْ أَمْرِهِمْ ۗ وَمَن يَعْصِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ فَقَدْ ضَلَّ ضَلَٰلًا مُّبِينًا ﴿٣٦﴾

37. Muvugishwamana! Ibuka igihe Zayidi mwene Haaritha[2] ahabwa n'Imana Allah inema y'ukuba

وَإِذْ تَقُولُ لِلَّذِىٓ أَنْعَمَ ٱللَّهُ عَلَيْهِ وَأَنْعَمْتَ عَلَيْهِ أَمْسِكْ عَلَيْكَ زَوْجَكَ وَٱتَّقِ ٱللَّهَ

[1] Abantu bo mu muryango w'Intumwa "ahlu l-bayti", ni abakenyezi biwe hamwe n'uruvyaro rukomoka kuri yo.

[1] Zayidi mwene Haaritha yarerewe ku Ntumwa, ico gihe umwana w'umurerano yafatwa nk'aho ari umwana w'uwamureze akanamwitirirwa kw'izina. Ivyo rero, vyahagaritswe n'ihishurwa rya Aayah ya 5 iri muri iki gisomwa c'Ingabo ziyunze "Al-Ahzaab".

وَتُخۡفِي فِي نَفۡسِكَ مَا ٱللَّهُ مُبۡدِيهِ وَتَخۡشَى ٱلنَّاسَ وَٱللَّهُ أَحَقُّ أَن تَخۡشَىٰهُۖ فَلَمَّا قَضَىٰ زَيۡدٞ مِّنۡهَا وَطَرٗا زَوَّجۡنَٰكَهَا لِكَيۡ لَا يَكُونَ عَلَى ٱلۡمُؤۡمِنِينَ حَرَجٞ فِيٓ أَزۡوَٰجِ أَدۡعِيَآئِهِمۡ إِذَا قَضَوۡاْ مِنۡهُنَّ وَطَرٗاۚ وَكَانَ أَمۡرُ ٱللَّهِ مَفۡعُولٗا ٣٧

umwislamu, maze na we ukamugirira ubuntu bwo kumuha ubwigenge ukamubarira uti: “Kenyera wubake rugume, nturote wahukana n’umukenyezi wawe Zayinabu mwene Jahshi, maze utinye Imana Allah”; uraheza uhisha mu mushaha wawe ivyo Imana Allah Yahavuye Ishira ahabona, ko Zayinabu niyahukana na Zayidi, ari wewe uzoca umwabira; ugira n’impungenge zo kwanka ko indyarya zovuga ko wabiriye uwahoze ari umukazana wawe, kandi Imana Allah ari Yo wategerezwa gutinya kurusha. Zayidi rero amaze kwahukana na Zayinabu, Zayinabu agaheza ikiringo ciwe co kwarama, Twebwe Allah Twaramugushingiye, kugira ubere abemeramana imboneza n’imurikizi mu kutaziririza gushingirwa abahoze ari abakenyezi b’abana b’abarerano inyuma yo kwahukana. Burya ingingo y’Imana Allah, yamye ari yo ija mu ngiro ata gisivya.

مَّا كَانَ عَلَى ٱلنَّبِيِّ مِنۡ حَرَجٖ فِيمَا فَرَضَ ٱللَّهُ لَهُۥۖ سُنَّةَ ٱللَّهِ فِي ٱلَّذِينَ خَلَوۡاْ مِن قَبۡلُۚ وَكَانَ أَمۡرُ ٱللَّهِ قَدَرٗا مَّقۡدُورًا ٣٨

38. Nta kibi rero kiri ku Muvugishwamana, mu kurekurirwa n’Imana Allah kwabira uwahoze ari umukenyezi w’umwana w’umurerano inyuma y’aho bahukaniye, ni wo mugirwa-ndemanwa rero Imana Allah Yarekuriye n’abo hambere yiwe mu Bavugishwamana, ni ingingo y’Imana Allah iri mu vyagezwe bitegerezwa kuba;

ٱلَّذِينَ يُبَلِّغُونَ رِسَٰلَٰتِ ٱللَّهِ وَيَخۡشَوۡنَهُۥ وَلَا يَخۡشَوۡنَ أَحَدًا إِلَّا ٱللَّهَۗ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ حَسِيبٗا ٣٩

39. Nya Bavugishwamana bashikiriza abantu ubutumwa bw’Imana Allah, bagaheza bagatinya Imana Allah Yo Yonyene ata guhirahira ngo batinye ikindi kintu na kimwe. Burya Imana Allah, Irakwiye kuba ari Yo Murereretsi Iharurira Igahembera ibiremwa ivyo vyakoze.

مَّا كَانَ مُحَمَّدٌ أَبَآ أَحَدٖ مِّن رِّجَالِكُمۡ وَلَٰكِن رَّسُولَ ٱللَّهِ وَخَاتَمَ ٱلنَّبِيِّـۧنَۗ وَكَانَ ٱللَّهُ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٗا ٤٠

40. Muhamadi, ntiyigeze aba se w’uwo wese muri mwebwe, ariko ni Intumwa y’Imana Allah, akaba n’Umuhetuzi w’Abavugishwamana bose gushika ku musi w’umuhero w’isi. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱذۡكُرُواْ ٱللَّهَ ذِكۡرٗا كَثِيرٗا ٤١

41. Emwe bemeye Imana Allah n’Intumwa yayo bakubahiriza n’amabwirizwa yayo! Nimuninahaze mwongere mutazire kenshi cane Imana Allah mu buryo bwose[1];

وَسَبِّحُوهُ بُكۡرَةٗ وَأَصِيلٗا ٤٢

42. Muheze mushimagize Imana Allah muyininahaza mwongera muyitazira mu bihe vyose; igitondo n’umugoroba, inyuma y’amasengesho-bwirizwa no mu gihe mushikiwe n’ibiza[2];

[1] Ininahaza n’itaziramana mu buryo bwose, rigirwa n’ururimi rivuye ku mutima rikagamburukirwa n’ibindi bihimba vy’umubiri.

[2] Ininahaza n’itaziramana mu bihe vyose, riri mu bintu vyegereza umuntu ku Mana Allah, rigatuma ururimi rwiwe rudacumura, rikanamufasha gushika ku vyiza vyinshi, maze nya muntu agakundwa n’Imana Allah.

43. Ni Yo Ibagirira impuhwe Ikabahayagiza, abamalayika na bo bakabasabira kuri Yo kugira Ibakure mu muzimagiza w'ubuhuvyi, Iheze Ibashire mu muco w'ukwemera, kanatsinda Yamye ari Nyenimbabazi ku bemeramana mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa.

هُوَ ٱلَّذِى يُصَلِّى عَلَيْكُمْ وَمَلَٰٓئِكَتُهُۥ لِيُخْرِجَكُم مِّنَ ٱلظُّلُمَٰتِ إِلَى ٱلنُّورِ ۚ وَكَانَ بِٱلْمُؤْمِنِينَ رَحِيمًا ﴿٤٣﴾

44. Indamutso y'abemeramana mu Bwami bw'ijuru, umusi bahuye n'Imana Allah, ni indamutso y'amahoro n'itekane; Yaranabateguriye n'impembo nziza yubashwe y'Ubwami bw'ijuru.

تَحِيَّتُهُمْ يَوْمَ يَلْقَوْنَهُۥ سَلَٰمٌ ۚ وَأَعَدَّ لَهُمْ أَجْرًا كَرِيمًا ﴿٤٤﴾

45. Ewe Muvugishwamana! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twakurungitse kugira ubere icabona abantu warungitsweko, ko wabashikirije koko ubutumwa, maze ushikirize inkuru nziza ihumuriza abameramana ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru, wongere ugabishe n'ibigaba ku bihano vy'Imana Allah;

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِىُّ إِنَّآ أَرْسَلْنَٰكَ شَٰهِدًا وَمُبَشِّرًا وَنَذِيرًا ﴿٤٥﴾

46. No kugira rero urarikire n'abantu kwemera no gusenga Imana Imwe Rudende Allah ku burenganzira bwayo, ubabere n'itara ribamurikira inzira y'ukuri.

وَدَاعِيًا إِلَى ٱللَّهِ بِإِذْنِهِۦ وَسِرَاجًا مُّنِيرًا ﴿٤٦﴾

47. Shikiriza rero, inkuru nziza ihumuriza abemeramana ko bagenewe n'Imana Allah impano rutura mu Bwami bw'ijuru;

وَبَشِّرِ ٱلْمُؤْمِنِينَ بِأَنَّ لَهُم مِّنَ ٱللَّهِ فَضْلًا كَبِيرًا ﴿٤٧﴾

48. Kandi ntukumvire namba abagarariji n'indyarya mu biciye kubiri n'ingingo z'ubwislamu, irengagize ibangamira ryabo, maze ushishikare gushikiriza ubutumwa, uheze wishimikize Imana Allah uyizere. Burya Imana Allah, Irakwiye kuba Umuhagarikizi Agukingira ibikubangamiye kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَلَا تُطِعِ ٱلْكَٰفِرِينَ وَٱلْمُنَٰفِقِينَ وَدَعْ أَذَىٰهُمْ وَتَوَكَّلْ عَلَى ٱللَّهِ ۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ وَكِيلًا ﴿٤٨﴾

49. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwashingirwa abemeramanakazi, hanyuma mukahukana na bo imbere yuko murangurana amabanga y'abubatse, muri ico gihe nta kwaramira ukwahukana muzobaharurako. Muraheza rero mugire ico mubatekereye mwisunze ubushobozi bwanyu, maze mwahukane na bo ku neza[1].

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ إِذَا نَكَحْتُمُ ٱلْمُؤْمِنَٰتِ ثُمَّ طَلَّقْتُمُوهُنَّ مِن قَبْلِ أَن تَمَسُّوهُنَّ فَمَا لَكُمْ عَلَيْهِنَّ مِنْ عِدَّةٍ تَعْتَدُّونَهَا ۖ فَمَتِّعُوهُنَّ وَسَرِّحُوهُنَّ سَرَاحًا جَمِيلًا ﴿٤٩﴾

50. Ewe Muvugishwamana! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarakurekuriye kwabira abakenyezi wakoye, abo ugaba ukaganza mu ncoreke waronkejwe n'Imana Allah mu minyago, abakobwa ba sowanyu n'abakobwa ba nyogosenge, hamwe rero n'abakobwa ba nyokorome n'abakobwa ba nyokwanyu bimukanye na we bakaja i Madina. Twakurekuriye no kwabira umukenyezi w'umwemeramanakazi mu gihe yokwiha ubwiwe ata

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِىُّ إِنَّآ أَحْلَلْنَا لَكَ أَزْوَٰجَكَ ٱلَّٰتِىٓ ءَاتَيْتَ أُجُورَهُنَّ وَمَا مَلَكَتْ يَمِينُكَ مِمَّآ أَفَآءَ ٱللَّهُ عَلَيْكَ وَبَنَاتِ عَمِّكَ وَبَنَاتِ عَمَّٰتِكَ وَبَنَاتِ خَالِكَ وَبَنَاتِ خَٰلَٰتِكَ ٱلَّٰتِى هَاجَرْنَ مَعَكَ وَٱمْرَأَةً مُّؤْمِنَةً إِن

[1] Iryo tekererwa ry'umukenyezi yahukanye, ni ingingo yubahirizwa mu ntumbero yo gushumbusha nya mukenyezi yahukanye ku mvo zitamuvuyeko.

وَهَبَتْ نَفْسَهَا لِلنَّبِيِّ إِنْ أَرَادَ ٱلنَّبِيُّ أَن يَسْتَنكِحَهَا خَالِصَةً لَّكَ مِن دُونِ ٱلْمُؤْمِنِينَ ۗ قَدْ عَلِمْنَا مَا فَرَضْنَا عَلَيْهِمْ فِيٓ أَزْوَٰجِهِمْ وَمَا مَلَكَتْ أَيْمَٰنُهُمْ لِكَيْلَا يَكُونَ عَلَيْكَ حَرَجٌ ۗ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿٥٠﴾

nkwano arinze gusaba, mu gihe wokenera wewe nyene kumwabira. Muvugishwamana! Iyi ngingo, ni wewe gusa yagenewe, nta n'uwundi n'umwe mu bemeramana yega. Ni ukuri Twebwe Allah, Turazi neza ingingo Twashingiye abemeramana zijanye n'abakenyezi babo n'incoreke bagaba bakaganza; ko barekuriwe kwabira gushika kuri bane mu bakenyezi, hamwe rero n'igitigiri bipfuza mu ncoreke, mu gihe bobaha inkwano zabo hakaba hari umushingizi n'ivyabona. Izo ngingo rero zikworohereza kwabira ku buryo butarekuriwe abandi, zashinzwe kugira ntugire akangononongono mu kwabira bamwe mu migwi y'abakenyezi wipfuza. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

۞ تُرْجِي مَن تَشَآءُ مِنْهُنَّ وَتُـْٔوِيٓ إِلَيْكَ مَن تَشَآءُ ۖ وَمَنِ ٱبْتَغَيْتَ مِمَّنْ عَزَلْتَ فَلَا جُنَاحَ عَلَيْكَ ۚ ذَٰلِكَ أَدْنَىٰٓ أَن تَقَرَّ أَعْيُنُهُنَّ وَلَا يَحْزَنَّ وَيَرْضَيْنَ بِمَآ ءَاتَيْتَهُنَّ كُلُّهُنَّ ۚ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ مَا فِى قُلُوبِكُمْ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلِيمًا حَلِيمًا ﴿٥١﴾

51. Urarindiriza izamu ryo gutahira uwo ushatse mu bakenyezi bawe, ukanakira kw'izamu muri bo uwo ushatse, n'uwo ushatse kwakira muri bo izamu ryiwe ritaragera, nta caha kuri wewe; iryo hitamwo ry'izamu hagati yabo, ni ryo rituma bagumiza umutima mu nda bakagira n'akamwemwe, maze bose bagashimishwa n'igaburwa ry'izamu wabahaye. Imana Allah rero, Irazi neza ibiri mu mitima yanyu mwebwe abagabo, bituma muhengamira kuri bamwe mu bakenyezi banyu. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Nyenubwitonzi-ntangere, ntiyihutira guhana ibigaba.

لَّا يَحِلُّ لَكَ ٱلنِّسَآءُ مِنۢ بَعْدُ وَلَآ أَن تَبَدَّلَ بِهِنَّ مِنْ أَزْوَٰجٍ وَلَوْ أَعْجَبَكَ حُسْنُهُنَّ إِلَّا مَا مَلَكَتْ يَمِينُكَ ۗ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ رَّقِيبًا ﴿٥٢﴾

52. Muvugishwamana! Kuva ubu rero, nturekuriwe kwabira abagore mu nyuma y'abakenyezi bawe ufise, ntunarekuriwe no kwahukana na bo ngo uheze wabire abandi mu kibanza c'abo[1], n'aho woshimishwa n'ubwiza bw'abo ushaka kwabira, kiretse mu gihe boba ari mu bo ugaba ukaganza mu ncoreke. Burya Imana Allah, Yamye ari Murereti w'ivyo mugira.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَا تَدْخُلُوا۟ بُيُوتَ ٱلنَّبِيِّ إِلَّآ أَن يُؤْذَنَ لَكُمْ إِلَىٰ طَعَامٍ غَيْرَ نَٰظِرِينَ إِنَىٰهُ وَلَٰكِنْ إِذَا دُعِيتُمْ فَٱدْخُلُوا۟ فَإِذَا طَعِمْتُمْ فَٱنتَشِرُوا۟ وَلَا مُسْتَـْٔنِسِينَ لِحَدِيثٍ ۚ إِنَّ ذَٰلِكُمْ كَانَ يُؤْذِى ٱلنَّبِىَّ فَيَسْتَحْىِۦ مِنكُمْ ۖ وَٱللَّهُ لَا يَسْتَحْىِۦ مِنَ

53. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukinjire mu mihana y'Umuvugishwamana mutabanje kudodora ngo abemerere kwinjira, anabazimane ku mfungurwa mutarinze guteramira mu kurindira ko zisha; ariko mu gihe mwotumirwa murinjira, maze mufungure. Mumaze gufungura rero, muraca mukura meza mutarinze guteramira ku kiyago, mu vy'ukuri uguteramira mu mihana yiwe mu kurindira ko imfungurwa zisha, hamwe no

[1] Iyi ngingo yashinzwe n'Imana Allah mu ntunbero yo kwubaha no kwubahiriza abakanyezi b'Intumwa, kuko bahisemwo Imana Allah n'Intumwa yayo n'ubuzima bw'inyuma yo gupfa ha guhurumbira ibihendamaso vy'isi.

guteramira ku kiyago muhejeje gufungurirwa, birageramira Umuvugishwamana akagira isoni zo kubasohora kandi abifitiye uburenganzira; mu vy'ukuri Imana Allah, ntigira isoni zo kugaragaza ukuri. Nihagira rero ibintu nkenerwa mu dukoresho two mu nzu n'ibindi mwipfuza gusaba abakenyezi b'Intumwa, murabisabira inyuma y'ipaziya. Ivyo rero, ni vyo vyeza cane imitima yanyu n'imitima yabo, mu kutagira akarigangamuhogo k'inyoshambi, kanatsinda ntimukwiye kubangamira namba Intumwa mu mvugo canke mu ngiro, eka ntimunarekuriwe namba mu nyuma yayo kwabira abakenyezi bayo, kuko ari abavyeyi banyu. Mu vy'ukuri, ukubangamira Intumwa kwanyu mu mvugo canke mu ngiro, hamwe no kwabira abakenyezi bayo mu nyuma yayo, ni icaha rutura ku Mana Allah.

ٱلْحَقِّۚ وَإِذَا سَأَلْتُمُوهُنَّ مَتَٰعًا فَسْـَٔلُوهُنَّ مِن وَرَآءِ حِجَابٍۚ ذَٰلِكُمْ أَطْهَرُ لِقُلُوبِكُمْ وَقُلُوبِهِنَّۚ وَمَا كَانَ لَكُمْ أَن تُؤْذُواْ رَسُولَ ٱللَّهِ وَلَآ أَن تَنكِحُوٓاْ أَزْوَٰجَهُۥ مِنۢ بَعْدِهِۦٓ أَبَدًاۚ إِنَّ ذَٰلِكُمْ كَانَ عِندَ ٱللَّهِ عَظِيمًا ﴿٥٣﴾

54. Bantu! Muramutse museruye ikiri ku mutima mu vyo mubuzwa, mu kubangamira Intumwa canke mukakigira ibanga ryanyu, ni ukuri Imana Allah ni Nyenubumenyikurivyose, nta kiyinyegeje mu vyo muserura no mu vyo muhisha, kandi Izobibahembera.

إِن تُبْدُواْ شَيْـًٔا أَوْ تُخْفُوهُ فَإِنَّ ٱللَّهَ كَانَ بِكُلِّ شَىْءٍ عَلِيمًا ﴿٥٤﴾

55. Nta caha kiri ku bagore bemera Imana Allah, mu kutitwikira mu gihe bari kumwe na ba se, bari kumwe n'abahungu babo, basaza babo, abahungu ba basaza babo canke ba benewabo, bari kumwe n'abemeramanakazi hamwe rero n'abo bagaba bakaganza mu bashumba babo. Ivyo bikaba biri ukwo, kuko bakenerana kenshi mu dukorwa twabo twa misi yose. Bemeramanakazi! Nimwikingire ibihano vy'Imana Allah, mu kutarenga ku mabwirizwa yayo[1]. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irabona neza ibikorwa vyose vy'ibiremwa; ibihishije n'ibigaragara, kandi Izobibihembera.

لَّا جُنَاحَ عَلَيْهِنَّ فِىٓ ءَابَآئِهِنَّ وَلَآ أَبْنَآئِهِنَّ وَلَآ إِخْوَٰنِهِنَّ وَلَآ أَبْنَآءِ إِخْوَٰنِهِنَّ وَلَآ أَبْنَآءِ أَخَوَٰتِهِنَّ وَلَا نِسَآئِهِنَّ وَلَا مَا مَلَكَتْ أَيْمَٰنُهُنَّۖ وَٱتَّقِينَ ٱللَّهَۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ شَهِيدًا ﴿٥٥﴾

56. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irahayagiza Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku batoni bayo mu bamalayika; abamalayika bayo na bo bakamuhayagiza banamusabira kuri Yo. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ni kuri izo mvo rero zo kwubaha no kwubahiriza uyo Muvugishwamana,

إِنَّ ٱللَّهَ وَمَلَٰٓئِكَتَهُۥ يُصَلُّونَ عَلَى ٱلنَّبِىِّۚ يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ صَلُّواْ عَلَيْهِ وَسَلِّمُواْ تَسْلِيمًا ﴿٥٦﴾

[1] Amabwirizwa abakenyezi b'abemeramanakazi babuzwa kurengako ng'aha, ni ukugaragariza ibisharizo bambaye abatarekuriwe kubibona, hamwe rero no kutitwikira mu gihe bari kumwe n'abatarekuriwe kubabona mu bagabo n'abagore batitwikiriye.

mutegetswe kumusabira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah[1].

إِنَّ ٱلَّذِينَ يُؤْذُونَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ لَعَنَهُمُ ٱللَّهُ فِى ٱلدُّنْيَا وَٱلْءَاخِرَةِ وَأَعَدَّ لَهُمْ عَذَابًا مُّهِينًا ﴿٥٧﴾

57. Mu vy'ukuri, abashavuza Imana Allah mu kuyibangikanya no mu kurenga ku mabwirizwa yayo, bakababangamira n'Intumwa yayo mu mvugo no mu ngiro, baravumwe n'Imana Allah kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Yaranabateguriye n'ibihano bisuzuguza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَٱلَّذِينَ يُؤْذُونَ ٱلْمُؤْمِنِينَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتِ بِغَيْرِ مَا ٱكْتَسَبُوا۟ فَقَدِ ٱحْتَمَلُوا۟ بُهْتَٰنًا وَإِثْمًا مُّبِينًا ﴿٥٨﴾

58. Na barya babangamira abemeramana n'abemeramanakazi mu mvugo n'ingiro, babahora icaha batigeze bakora, ni ukuri biremeka ikinyoma ceruye hamwe n'icaha kigaragara bazohanirwa mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِىُّ قُل لِّأَزْوَٰجِكَ وَبَنَاتِكَ وَنِسَآءِ ٱلْمُؤْمِنِينَ يُدْنِينَ عَلَيْهِنَّ مِن جَلَٰبِيبِهِنَّ ذَٰلِكَ أَدْنَىٰٓ أَن يُعْرَفْنَ فَلَا يُؤْذَيْنَ ۗ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿٥٩﴾

59. Muvugishwamana! Bwira abakenyezi bawe, abakobwa bawe hamwe n'abakenyezi b'abemeramana, barenze ku mutwe umwitwikiro upfuka mu maso no mw'izosi gushika ku gikiriza; ukwo kwitwikira rero, ni ukugira abakenyezi biyubahirize banamenyekane, maze ntibabangamirwe n'ibihumbu. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

لَّئِن لَّمْ يَنتَهِ ٱلْمُنَٰفِقُونَ وَٱلَّذِينَ فِى قُلُوبِهِم مَّرَضٌ وَٱلْمُرْجِفُونَ فِى ٱلْمَدِينَةِ لَنُغْرِيَنَّكَ بِهِمْ ثُمَّ لَا يُجَاوِرُونَكَ فِيهَآ إِلَّا قَلِيلًا ﴿٦٠﴾

60. Indyarya, abanyengeterewe mu mutima n'indwara yo kwamana amakenga, hamwe rero na ba gateranya barazwa ishinga no gukwiragiza ibihuha mu gisagara ca Madina, mu ntumbero yo gutera akaguma, ni ukuri nibatateshwa bagata, Tuzokugomorera kuri bo maze ubomore, hanyuma ntibazokumarana muri nya gisagara kiretse akanya gato;

مَّلْعُونِينَ ۖ أَيْنَمَا ثُقِفُوٓا۟ أُخِذُوا۟ وَقُتِّلُوا۟ تَقْتِيلًا ﴿٦١﴾

61. Baheze bavumwe n'Imana Allah aho bazoba bari hose. Nibatavavanura n'izo ngeso mbi rero, bazofatwa bagirwe imbohe, bicwe nya kwicwa.

سُنَّةَ ٱللَّهِ فِى ٱلَّذِينَ خَلَوْا۟ مِن قَبْلُ ۖ وَلَن تَجِدَ لِسُنَّةِ ٱللَّهِ تَبْدِيلًا ﴿٦٢﴾

62. Ni uko vyamye rero ku ndyarya n'abarazwa ishinga no gukwiragiza ibihuha mu ntumbero yo gutera akaguma mu b'aho hambere, ko Imana Allah Yabahanisha gufatwa bakagirwa imbohe, bakanicwa aho hose bari mu gihe batavavanuye n'izo ngeso. Ntumwa y'Imana! Genda

[1] Harakiriwe uburyo bwinshi bwo gusabira amahoro n'impuhwe Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah); muri bwo, ni ubu bukurikira: "ALLAAHUMMA SWALLI ALAA MUHAMMADIN WA'ALAA AALI MUHAMMADIN KAMAA SWALLAYTA ALAA IBRAAHIIMA WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN. ALLAAHUMMA BAARIK ALAA MUHAMMADIN WA'ALAA AALI MUHAMMADIN KAMAA BAARAKTA ALAA IBRAAHIIMA WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN". (Ewe Mana yanje Rurema Allah! Hundagaza impuhwe zawe ku Ntumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahundagaje impuhwe zawe ku Ntumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Mu vy'ukuri Wewe, ni Nyenugushimagizwa, Nyeniteka. Ewe Mana Yanje Rurema Allah! Hezagira Intumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahezagiye Intumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Mu vy'ukuri Wewe, ni Nyenugushimagizwa, Nyeniteka).

ugendereze, nta hantu na hamwe uzosanga Twarigeze kudohoka ku ngingo yo guhana indyarya na ba gateranya.

63. Ntumwa y'Imana! Abantu barakubaza ku bijanye n'isango umuhero w'isi uzoshikirako mu ntumbero yo guhakana. Bakurire inkoni ku gishitsi, maze ubabwire uti: "Ni ukuri ubumenyi bw'isango ry'umuhero w'isi, buzwi gusa n'Imana Allah". Mbega Ntumwa y'Imana! Wobibwirwa n'iki, kumbure hari n'aho isango rya nya muhero w'isi ryoba riri hafi gushika!

يَسْـَٔلُكَ ٱلنَّاسُ عَنِ ٱلسَّاعَةِۖ قُلْ إِنَّمَا عِلْمُهَا عِندَ ٱللَّهِۚ وَمَا يُدْرِيكَ لَعَلَّ ٱلسَّاعَةَ تَكُونُ قَرِيبًا ﴿٦٣﴾

64. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yaravumye abagarariji mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, Iranabategekaniriza mu buzima bw'inyuma yo gupfa umuriro wama wegenyejwe;

إِنَّ ٱللَّهَ لَعَنَ ٱلْكَـٰفِرِينَ وَأَعَدَّ لَهُمْ سَعِيرًا ﴿٦٤﴾

65. Bazowugumamwo ibihe bidahera mu bihano vyamaho, ntibazoronka umuhagarikizi n'umwe abakura mu bihano, eka nta n'uwubatabara mu kubibakingira bazoronka;

خَـٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدًاۖ لَّا يَجِدُونَ وَلِيًّا وَلَا نَصِيرًا ﴿٦٥﴾

66. Umusi bahindukijwe mu maso bari muri nya muriro, bazovuga bajumarariwe n'ukwihebura n'akantu bati: "Amagorwa arama yemwe! Ese iyo tumenya tukumvira Imana Allah, tukumvira n'Intumwa yayo tukiri kw'isi, ntitwari kubona ayo tubonye!".

يَوْمَ تُقَلَّبُ وُجُوهُهُمْ فِى ٱلنَّارِ يَقُولُونَ يَـٰلَيْتَنَآ أَطَعْنَا ٱللَّهَ وَأَطَعْنَا ٱلرَّسُولَا۠ ﴿٦٦﴾

67. Abagarariji kuri uwo musi, bazovuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Mu vy'ukuri twebwe, twarumviye abubahwa hamwe n'indongozi zacu mw'igarariza no mw'ibangikanyamana, baraheza baraduhubisha inzira y'ukwemera uburongozi bwawe;

وَقَالُوا۟ رَبَّنَآ إِنَّآ أَطَعْنَا سَادَتَنَا وَكُبَرَآءَنَا فَأَضَلُّونَا ٱلسَّبِيلَا۠ ﴿٦٧﴾

68. Mana yacu Rurema Allah! Turagusavye rero Ubahe ibihano bigwijwe incuro zibiri ku vyo Uduha, Wongere Ubavume nya kubavuma".

رَبَّنَآ ءَاتِهِمْ ضِعْفَيْنِ مِنَ ٱلْعَذَابِ وَٱلْعَنْهُمْ لَعْنًا كَبِيرًا ﴿٦٨﴾

69. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukabangamire Intumwa y'Imana mu mvugo canke mu ngiro; ntimukabe nk'ababangamiye Musa mu kumutyoza, maze Imana Allah Iramweza. Musa rero, yari n'Intumwa yubashwe ku Mana Allah.

يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَا تَكُونُوا۟ كَٱلَّذِينَ ءَاذَوْا۟ مُوسَىٰ فَبَرَّأَهُ ٱللَّهُ مِمَّا قَالُوا۟ۚ وَكَانَ عِندَ ٱللَّهِ وَجِيهًا ﴿٦٩﴾

70. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimugamburukire Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, maze muvuge amajambo aroranye mu bihe vyose;

يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَقُولُوا۟ قَوْلًا سَدِيدًا ﴿٧٠﴾

71. Muri ico gihe, Imana Allah Izobatunganiriza ibikorwa vyanyu, Yongere Ibagumirize akabanga ku vyaha vyanyu Ibababarire. Uwo wese rero yumviye Imana Allah

يُصْلِحْ لَكُمْ أَعْمَـٰلَكُمْ وَيَغْفِرْ لَكُمْ ذُنُوبَكُمْۗ وَمَن يُطِعِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ فَقَدْ فَازَ فَوْزًا عَظِيمًا ﴿٧١﴾

n'Intumwa yayo mu gushira mu ngiro amabwirizwa yayo, ni ukuri azoronka intsinzi ihambaye y'Ubwami bw'ijuru.

إِنَّا عَرَضْنَا ٱلْأَمَانَةَ عَلَى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَٱلْجِبَالِ فَأَبَيْنَ أَن يَحْمِلْنَهَا وَأَشْفَقْنَ مِنْهَا وَحَمَلَهَا ٱلْإِنسَٰنُ ۖ إِنَّهُۥ كَانَ ظَلُومًا جَهُولًا ﴿٧٢﴾

72. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarasavye amajuru, isi hamwe n'imisozi ko vyogira ububasha bwo guhitamwo kwubaha no kwubahiriza imbitso y'amabwirizwa, maze amajuru, isi hamwe n'imisozi biranka kuyiremeka, biranagira n'impungenge zo kudashobora kuyubahiriza. Ni ho rero, umuntu yakanagara aremera kwiremeka nya mbitso; mu vy'ukuri umuntu, yamye yirenganya kenshi akaba n'ikijujute ruhebwa.

لِّيُعَذِّبَ ٱللَّهُ ٱلْمُنَٰفِقِينَ وَٱلْمُنَٰفِقَٰتِ وَٱلْمُشْرِكِينَ وَٱلْمُشْرِكَٰتِ وَيَتُوبَ ٱللَّهُ عَلَى ٱلْمُؤْمِنِينَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتِ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿٧٣﴾

73. Uguhitamwo kw'umuntu kwiremeka no kwubahiriza nya mbitso, kwahavuye kuba ari yo mvo yo kugira Imana Allah Ihane indyarya n'indyaryakazi, hamwe rero n'ababangikanyamana n'ababangikanyamanakazi, Iheze Yumvire ukwigaya kw'abemeramana n'abemeramanakazi, Inabagumirize n'akabanga ku vyaha vyabo, Iheze Ababababarire. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

34. Saba-i (Abasaba-i)
Aayah 54, Madina

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ ٱلَّذِى لَهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ وَلَهُ ٱلْحَمْدُ فِى ٱلْءَاخِرَةِ ۚ وَهُوَ ٱلْحَكِيمُ ٱلْخَبِيرُ ﴿١﴾

1. Nihashimagizwe Imana Allah Yo Mugabe w'ibiremwa vyose biri mu majuru, n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo; ni Yo Nyenegushimagizwa mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni na Yo Ntungane mu vyo Ikora, Muhetuziwavyose;

يَعْلَمُ مَا يَلِجُ فِى ٱلْأَرْضِ وَمَا يَخْرُجُ مِنْهَا وَمَا يَنزِلُ مِنَ ٱلسَّمَآءِ وَمَا يَعْرُجُ فِيهَا ۚ وَهُوَ ٱلرَّحِيمُ ٱلْغَفُورُ ﴿٢﴾

2. Irazi neza ibinyikira mw'isi nk'amama y'imvura n'ibindi[1]; ibiva mw'isi nk'ibimera, ubutare n'amazi n'ibindi; ibimanuka biva mw'ijuru nk'imvura, abamalayika n'Ibitabu, n'ibindi; ibiduga bija mw'ijuru nk'abamalayika, ibikorwa vy'ibiremwa, n'ibindi; ni na Yo rero Nyenimbabazi ku batoni bayo, Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya.

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لَا تَأْتِينَا ٱلسَّاعَةُ ۖ قُلْ بَلَىٰ وَرَبِّى لَتَأْتِيَنَّكُمْ عَٰلِمِ ٱلْغَيْبِ ۖ لَا يَعْزُبُ عَنْهُ مِثْقَالُ ذَرَّةٍ فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَلَا فِى ٱلْأَرْضِ وَلَآ أَصْغَرُ مِن ذَٰلِكَ وَلَآ أَكْبَرُ إِلَّا فِى كِتَٰبٍ مُّبِينٍ ﴿٣﴾

3. Abagararije bagahakana bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa, barinamuye bati: "Nta muhero w'isi uzodushikira pe!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Oya, murihenda cane! Ndarahiye kw'izina ry'Imana yanje Rurema Allah, ni ukuri umuhero w'isi uzobashikira ukuri kwamye, mu nyuma muzuke. Ni uko rero, nta wuzi isango ryawo atari Imana Allah Rumenyi w'ibinyegejwe ibiremwa, nta na kimwe rero kiyinyegeje n'aho coba kingana

[1] Nk'abapfuye n'ibindi bitagira ubuzima.

n’akanyegeri kinyegeje mu majuru canke mw’isi, eka nta n’akantu kanzunya kari musi y’akanyegeri canke kanini kuruta, kiretse ko nya kantu kanditswe mu vyagezwe n’Imana Allah, mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n’ishirwa mu ngiro ryavyo “Lawhu Mahfuudhw”.

لِّيَجۡزِيَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِۚ أُوْلَٰٓئِكَ لَهُم مَّغۡفِرَةٞ وَرِزۡقٞ كَرِيمٞ ٤

4. Umuhero w’isi rero uzobashikira, mu nyuma muzuke kugira Imana Allah Ihembe abayemeye bagakurikira Intumwa yayo, bakanakora n'ivyiza bitegetswe. Abo, ni bo rero bazogumirizwa akabanga ku vyaha vyabo, baheze bababarirwe mu buzima bw’inyuma yo gupfa, bazonaronka n’impano zubashwe kandi zamaho mu Bwami bw’ijuru.

وَٱلَّذِينَ سَعَوۡ فِيٓ ءَايَٰتِنَا مُعَٰجِزِينَ أُوْلَٰٓئِكَ لَهُمۡ عَذَابٞ مِّن رِّجۡزٍ أَلِيمٞ ٥

5. Nayo abakoresheje urwenge mu kubeshuza Aayah zacu za Qor’ani ngo bazirwanye, maze bahakane n’Intumwa zacu bivuye inyuma, bibwira ko bazotunaniza Twebwe Allah, abo, ni bo bantu rero bagenewe ibihano bisuzuguza bibabaza mu muriro wa Jahannamu.

وَيَرَى ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلۡعِلۡمَ ٱلَّذِيٓ أُنزِلَ إِلَيۡكَ مِن رَّبِّكَ هُوَ ٱلۡحَقَّ وَيَهۡدِيٓ إِلَىٰ صِرَٰطِ ٱلۡعَزِيزِ ٱلۡحَمِيدِ ٦

6. Abahawe ubumenyi barazi neza ko Qor’ani wamanuriwe ari kwo kuri kudahinyuzwa, irongora mu nzira igorororotse y’Imana Allah Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenugushimwa, Ishimwa mu bihe vyose ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo.

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ هَلۡ نَدُلُّكُمۡ عَلَىٰ رَجُلٖ يُنَبِّئُكُمۡ إِذَا مُزِّقۡتُمۡ كُلَّ مُمَزَّقٍ إِنَّكُمۡ لَفِي خَلۡقٖ جَدِيدٍ ٧

7. Abagararije babwiranye hagati yabo n’itebura n’akantu bati: “Mbega mwodukundira tukabarangira umuntu ababwira ko nimwamara gupfa mugacika ubunywenywe, muzoheza mukaremwa bushasha maze mukazuka!

أَفۡتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا أَم بِهِۦ جِنَّةُۢۗ بَلِ ٱلَّذِينَ لَا يُؤۡمِنُونَ بِٱلۡأٓخِرَةِ فِي ٱلۡعَذَابِ وَٱلضَّلَٰلِ ٱلۡبَعِيدِ ٨

8. Mbega arementaniriza nkana Imana Allah canke yarakehewe n’ubwenge![1]”. Haba namba! Si nk’ukwo rero abagarariji bavyibaza, ahubwo Muhamadi ni Intumwa akaba n’Imvugakuri koko. Ahubwo abatemera izurwa ry’ibiremwa mu buzima bw’inyuma yo gupfa ngo babwitegurire, bazoja mu bihano vyamaho; bari no mu muzimagiza uri kure cane y’ukuri.

أَفَلَمۡ يَرَوۡاْ إِلَىٰ مَا بَيۡنَ أَيۡدِيهِمۡ وَمَا خَلۡفَهُم مِّنَ ٱلسَّمَآءِ وَٱلۡأَرۡضِۚ إِن نَّشَأۡ نَخۡسِفۡ بِهِمُ ٱلۡأَرۡضَ أَوۡ نُسۡقِطۡ عَلَيۡهِمۡ كِسَفٗا مِّنَ ٱلسَّمَآءِۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَةٗ لِّكُلِّ عَبۡدٖ مُّنِيبٖ ٩

9. Mbega ntu, abagarariji ntibabona ibibakikije mw’ijuru no kw’isi, ibisiga ubwenge bwabo, vyerekana ubushobozi n'ububasha vy’Imana Allah! Dushatse rero Twebwe Allah, Twobafuririra mu kuzimu; nk’uko Twabigiriye Qaaruuni, canke Tukabamanurira ibihano biturutse hejuru; nk’uko Twabigize ku bantu ba Shu’ayibu bahitanwe n’umuriro uturutse hejuru urabaturira! Mu vy’ukuri, muri ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo vyerekana ubushobozi

[1] Ivyo babivuga batebura ku Ntumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) mu ntumbero yo guhakana no kwiyamiriza ko ata zurwa ry’ibiremwa ribaho.

n'ububasha vyacu, ku muntu wese yikebuka akigaya yicishije bugufi ku Mana Allah.

۞وَلَقَدۡ ءَاتَيۡنَا دَاوُۥدَ مِنَّا فَضۡلٗاۖ يَٰجِبَالُ أَوِّبِي مَعَهُۥ وَٱلطَّيۡرَۖ وَأَلَنَّا لَهُ ٱلۡحَدِيدَ ١٠

10. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarahaye Dawudi impano y'ubutumwa, Igitabu n'ubumenyi, Turaheza Tubwira imisozi n'inyoni Duti: "Mwa misozi mwe hamwe n'inyoni! Nimwitabirire hamwe na Dawudi ininahaza n'itaziramana". Twaranamworohoreje icuma mu kukiyonza akagihingura nk'uko ashatse.

أَنِ ٱعۡمَلۡ سَٰبِغَٰتٖ وَقَدِّرۡ فِي ٱلسَّرۡدِۖ وَٱعۡمَلُواْ صَٰلِحًاۖ إِنِّي بِمَا تَعۡمَلُونَ بَصِيرٞ ١١

11. Twaranamuhaye intumbero mu vyo ahingura Duti: "Hingura impuzu zikingira umubiri wose mu ndwano, kandi ziremurutse zihinguwe ku rugero rukenewe. Hanyuma muheze rero, wewe n'umuryango wawe mukore ivyiza bitegetswe. Mu vy'ukuri, Jewe Allah Ndabona neza ivyo mukora, Ndi Nyenukubona".

وَلِسُلَيۡمَٰنَ ٱلرِّيحَ غُدُوُّهَا شَهۡرٞ وَرَوَاحُهَا شَهۡرٞۖ وَأَسَلۡنَا لَهُۥ عَيۡنَ ٱلۡقِطۡرِۖ وَمِنَ ٱلۡجِنِّ مَن يَعۡمَلُ بَيۡنَ يَدَيۡهِ بِإِذۡنِ رَبِّهِۦۖ وَمَن يَزِغۡ مِنۡهُمۡ عَنۡ أَمۡرِنَا نُذِقۡهُ مِنۡ عَذَابِ ٱلسَّعِيرِ ١٢

12. Twaranorohereje Sulayimani kwikora ku muyaga mu gihe ari ku rugendo, aho urugendo rw'ukwezi yarugenda mu gice c'umurango, mu kindi gice c'umurango akagenda urugendo rusanzwe rumara ukwezi nyene. Twaramworohereje kandi kuyonza ubutare bw'umujumpu akabuhingura nk'uko ashatse, Turanamworohereza no gukoresha Amajini mu bikorwa yipfuza, ku bushobozi bw'Imana yiwe Rurema Allah, kandi uwuhirahiye muri nya Majini agaca kubiri n'ibwirizwa ryacu Twebwe Allah mu kutumvira Sulayimani, Tuzomuhonja ibihano vy'umuriro wama wegenyejwe;

يَعۡمَلُونَ لَهُۥ مَا يَشَآءُ مِن مَّحَٰرِيبَ وَتَمَٰثِيلَ وَجِفَانٖ كَٱلۡجَوَابِ وَقُدُورٖ رَّاسِيَٰتٍۚ ٱعۡمَلُوٓاْ ءَالَ دَاوُۥدَ شُكۡرٗاۚ وَقَلِيلٞ مِّنۡ عِبَادِيَ ٱلشَّكُورُ ١٣

13. Nya Majini yakorera Sulayimani ivyo ashaka mu kwubaka imisigiti, no mu guhingura ibintu mu butare bw'umujumpu n'ubw'ikiyo, amabakuri maninimanini yagutse nk'icogo, inkono z'impange amahanga zitigera ziva aho zihinguriwe ku bunini bwazo. Ni ho rero Twavuga Duti: "Ewe muryango wa Dawudi! Nimukore mwubahiriza amabwirizwa yanje Jewe Allah mu ntumbero yo gushima inema zanje". Burya rero, ni bake cane mu baja banje banshimira cane[1].

فَلَمَّا قَضَيۡنَا عَلَيۡهِ ٱلۡمَوۡتَ مَا دَلَّهُمۡ عَلَىٰ مَوۡتِهِۦٓ إِلَّا دَآبَّةُ ٱلۡأَرۡضِ تَأۡكُلُ مِنسَأَتَهُۥۖ فَلَمَّا خَرَّ تَبَيَّنَتِ ٱلۡجِنُّ أَن لَّوۡ كَانُواْ يَعۡلَمُونَ ٱلۡغَيۡبَ مَا لَبِثُواْ فِي ٱلۡعَذَابِ ٱلۡمُهِينِ ١٤

14. Igihe rero Twebwe Allah Twiciye Sulayimani, nta camenyesheje Amajini ko yapfuye, kiretse umuswa wariye inkoni yari yishimikije aca arahenuka. Sulayimani amaze kugwa hasi, ni ho rero ya Majini yatahura ko iyo aba azi ibinyegejwe ibiremwa, atari kuguma mu bihano vyo

[1] Umuryango wa Dawudi rero, wari muri abo baja bake bashimira cane Imana Allah.

gukoreshwa na Sulayimani ku kwibwira ko akiri muzima kandi yapfuye kera[1].

لَقَدْ كَانَ لِسَبَإٍ فِي مَسْكَنِهِمْ ءَايَةٌ ۖ جَنَّتَانِ عَن يَمِينٍ وَشِمَالٍ ۖ كُلُوا۟ مِن رِّزْقِ رَبِّكُمْ وَٱشْكُرُوا۟ لَهُۥ ۚ بَلْدَةٌ طَيِّبَةٌ وَرَبٌّ غَفُورٌ ﴿١٥﴾

15. Ni ukuri, ku mihana y'abantu bo mu bwoko bw'Abasaba-i bigeze kuba muri Yemeni, harimwo icemezo cerekana ubushobozi bwacu Twebwe Allah. Kuri nya mihana, hari imirima ibiri itotahaye; umurima umwe wari ku ruhande rw'iburyo bw'ahari urugomero mu kabande, uwundi na wo ukaba wari ibubamfu bwa nya kabande. Abantu b'Abasaba-i babwiwe bati: "Nimufungure rero mu bibabeshaho mwaronkejwe n'Imana yanyu Rurema Allah, muheze muyishimire, mwahawe igihugu gihimbaye c'akanovera n'akayaga keza, mugira n'Imana Nyenimbabazi-ntangere Allah".

فَأَعْرَضُوا۟ فَأَرْسَلْنَا عَلَيْهِمْ سَيْلَ ٱلْعَرِمِ وَبَدَّلْنَٰهُم بِجَنَّتَيْهِمْ جَنَّتَيْنِ ذَوَاتَىْ أُكُلٍ خَمْطٍ وَأَثْلٍ وَشَىْءٍ مِّن سِدْرٍ قَلِيلٍ ﴿١٦﴾

16. Ni ho rero Abasaba-i birengagiza amabwirizwa no gushimira Imana Allah, barahakana bivuye inyuma Intumwa zayo, Duca Tubarungikira imyuzurire isenyura rwa rugomero, ihitana na ya mirima ibiri itotahaye, ahari nya mirima Tuhasubiriza iyindi mirima ibiri imera ivyamwa vy'umururazi binuka kubi, irimwo n'ibiti vy'inkokore bitagira ivyamwa namba, hamwe rero n'ibiti bike vya Sidiri bifise amahwa menshi.

ذَٰلِكَ جَزَيْنَٰهُم بِمَا كَفَرُوا۟ ۖ وَهَلْ نُجَٰزِىٓ إِلَّا ٱلْكَفُورَ ﴿١٧﴾

17. Icabakuye amata mu kanwa, bakarumanga bahora basomera, ni ubugarariji bwabo no kudashimira Imana Allah. Burya Twebwe Allah, ntiduhana ngo duhashe kiretse abimonogoje mu bugarariji no mu kwihakana inema zacu.

وَجَعَلْنَا بَيْنَهُمْ وَبَيْنَ ٱلْقُرَى ٱلَّتِى بَٰرَكْنَا فِيهَا قُرًى ظَٰهِرَةً وَقَدَّرْنَا فِيهَا ٱلسَّيْرَ ۖ سِيرُوا۟ فِيهَا لَيَالِىَ وَأَيَّامًا ءَامِنِينَ ﴿١٨﴾

18. Twaranashize ibisagara vy'urutavanako hagati y'igihugu c'Abasaba-i n'uducimbiri Twahezagiye muri Shaamu, Tugira n'urugendo hagati y'igisagara n'ikindi kuba urugendo rworoshe, ruzwi igituro ruherako n'ikiringo rumara, Turaheza Tubabwira Duti: "Nimwishire mwizane rero mutekaniwe mu ngendo mugira hagati y'ivyo bisagara, maze muzigire ku mwanya wose mwipfuza, haba mw'ijoro canke ku murango".

فَقَالُوا۟ رَبَّنَا بَٰعِدْ بَيْنَ أَسْفَارِنَا وَظَلَمُوٓا۟ أَنفُسَهُمْ فَجَعَلْنَٰهُمْ أَحَادِيثَ وَمَزَّقْنَٰهُمْ كُلَّ مُمَزَّقٍ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّكُلِّ صَبَّارٍ شَكُورٍ ﴿١٩﴾

19. Bamaze kworoherwa mu buzima bakarengwa, bavuze n'agahimbo n'akantu bati: "Mana yacu Rurema Allah! Dushirire kure na kure ibituro vy'ibisagara vyacu, maze dufate urugendo rurerure ata gituro ducako mu nzira turonkerako induhuro canke impamba". Ni ho rero birenganya mu kugarariza, Duca Turabahana, maze Tubagira inkebuzo n'akayazwe ku bakurikiye mu nyuma,

[1] Iyi Aayah, iremeza ko Amajini atazi na kimwe mu binyegejwe ibiremwa "ILMU L-GHAYB", kuko iyo Amajini aba azi ibinyegejwe ibiremwa, Amajini yakoreshwa na Sulayimani aba yaramenye ubwayo urupfu rwa Sulayimani, agaheza akareka kuguma mu bikorwa, yibaza ko Sulayimani aho yari ahagaze yishimikije inkoni, ayabona kandi yari yapfuye kera.

Turaheza Turabashwiragiza nya kubashwiragiza. Mu vy'ukuri mu vyashikiye Abasaba-i, ni ukuri harimwo ivyemezo n'inkebuzo ku muntu wese yigumya mu vyago, ashima inema z'Imana Allah.

وَلَقَدْ صَدَّقَ عَلَيْهِمْ إِبْلِيسُ ظَنَّهُۥ فَٱتَّبَعُوهُ إِلَّا فَرِيقًا مِّنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٢٠﴾

20. Ni ukuri Ibilisi, yaribwiye ko azohubisha Bene Adamu bakamwumvira mu gucumura ku Mana Allah, maze icipfuzo ciwe kuri bo kija mu ngiro, Bene Adamu baramwumvira, kiretse umugwi w'abemeramana bagamburukira Imana Allah mu gushira mu ngiro amabwirizwa yayo.

وَمَا كَانَ لَهُۥ عَلَيْهِم مِّن سُلْطَٰنٍ إِلَّا لِنَعْلَمَ مَن يُؤْمِنُ بِٱلْءَاخِرَةِ مِمَّنْ هُوَ مِنْهَا فِى شَكٍّ ۗ وَرَبُّكَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ حَفِيظٌ ﴿٢١﴾

21. Hamwe n'ivyo rero, Ibilisi nta bubasha afise bwo guhatira abagararije ku bugarariji, ariko mu vyagezwe, aratera inyoshambi Bene Adamu, kugira Twebwe Allah Tugaragaze mu vyo Dusanzwe Tuzi, uwemera n'uwutemera afise amakenga kw'ihembwa ry'ibiremwa n'izurwa ryavyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Burya Imana yawe Rurema Allah, ni Umubungabunzi w'ikintu cose mu bikorwa vy'ibiremwa, kandi Izokibihembera.

قُلِ ٱدْعُوا۟ ٱلَّذِينَ زَعَمْتُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ ۖ لَا يَمْلِكُونَ مِثْقَالَ ذَرَّةٍ فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَلَا فِى ٱلْأَرْضِ وَمَا لَهُمْ فِيهِمَا مِن شِرْكٍ وَمَا لَهُۥ مِنْهُم مِّن ظَهِيرٍ ﴿٢٢﴾

22. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Enda nimusabe abo mwibaza ko babangikanije[1] n'Imana Allah mukabasenga mu gishingo cayo, muheze rero mubiture mu kubasaba ngo babatunganirize ivyanyu. Eka ntibazobumvira namba kuko ata co bagaba haba mu majuru, haba no mw'isi, n'aho coba kingana n'akanyegeri; eka nta n'ico babangikanijeko n'Imana Allah mu biri mu majuru no mw'isi; bitayeko, nta n'umwe muri bo yobera Imana Allah umufasha mu kurema, ahubwo Imana Allah ni Imwe Rudende mu bumana no mu kurema kwayo, Ikwiye gusengwa rero ari Imwe Rudende Itabangikanywa".

وَلَا تَنفَعُ ٱلشَّفَٰعَةُ عِندَهُۥٓ إِلَّا لِمَنْ أَذِنَ لَهُۥ ۚ حَتَّىٰٓ إِذَا فُزِّعَ عَن قُلُوبِهِمْ قَالُوا۟ مَاذَا قَالَ رَبُّكُمْ ۖ قَالُوا۟ ٱلْحَقَّ ۖ وَهُوَ ٱلْعَلِىُّ ٱلْكَبِيرُ ﴿٢٣﴾

23. Nta vugira ry'umuvugizi rizogira ico rimariye ikiremwa ku Mana Allah, kiretse ivugira ry'uwurekuriwe na Yo. Iyo rero Imana Allah Ihishuye amajambo yayo, maze ibiremwa vyo mu majuru bikumva nya hishurwa, birahinda agashitsi bikanahakwa kugwa igihumura ku kuyubaha. Bimaze rero guturura bigatekana, umutima ugasubira mu nda, bica bibazanya hagati yavyo biti: "Mbega yemwe! Aha munyumvira Imana yanyu Rurema Allah Ihishuye Ivuga iki?". Abamalayika bagaca bishura bavuga bati: "Yahishuye Ivuga ukuri kudahinyuzwa, kandi ni Yo Nyenicubahiro-ntangere, Nyenubukuru".

[1] Mu bigirwamana vyo mu bwoko bwose; vyaba mu bamalayika canke mu bantu, canke mu bindi mwibaza.

24. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Ni nde Abaronsa ibibabeshaho biturutse ku mvura igwa ivuye mu bicu izananye mu kirere; n'ibiva mw'isi mu bimera hamwe n'ubutare, n'ibindi n'ibindi!". Bazoheza bishure ata gukekereza ko ari Imana Allah. Nibatishura kubera ubugugu bwabo, urababwira uti: "Ni Imana Allah Ibaronsa ibibabeshaho; kandi mu vy'ukuri, hagati yacu, harimwo umugwi uri mu burongozi canke uri mu muzimagiza uri kure cane y'ukuri".

۞قُلۡ مَن يَرۡزُقُكُم مِّنَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ قُلِ ٱللَّهُۖ وَإِنَّآ أَوۡ إِيَّاكُمۡ لَعَلَىٰ هُدًى أَوۡ فِي ضَلَٰلٖ مُّبِينٖ ٢٤

25. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana rero uti: "Ntimuzobazwa namba ku vyaha vyacu, eka na twe nyene ntituzobazwa ku vyo mwakoze, bitayeko nta n'ico duhuriyeko na mwe".

قُل لَّا تُسۡـَٔلُونَ عَمَّآ أَجۡرَمۡنَا وَلَا نُسۡـَٔلُ عَمَّا تَعۡمَلُونَ ٢٥

26. Ntumwa y'Imana! Vuga ubabwire uti: "Imana yacu Rurema Allah, Izotwegeraniriza hamwe twese ku musi w'izuka, hanyuma Iducire urw'ukuri rutunganye, ni na Yo Mugomorozi Ikaba n'Umucamanza Atunganiriza bikwiye ibiremwa, ni na Yo Izi urwo Izoducira".

قُلۡ يَجۡمَعُ بَيۡنَنَا رَبُّنَا ثُمَّ يَفۡتَحُ بَيۡنَنَا بِٱلۡحَقِّ وَهُوَ ٱلۡفَتَّاحُ ٱلۡعَلِيمُ ٢٦

27. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Nimunyereke mwisunze ivyemezo, ko abo mwanganishije n'Imana Allah mukayibangikanya na bo mu gusengwa, boba hari na kimwe bashoboye kurema!". Eka barahumba nibateshwe bate, si nk'uko bavyibaza! Ahubwo Imana Ikwiye gusengwa Itabangikanywa, ni Allah, Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

قُلۡ أَرُونِيَ ٱلَّذِينَ أَلۡحَقۡتُم بِهِۦ شُرَكَآءَ كَلَّاۚ بَلۡ هُوَ ٱللَّهُ ٱلۡعَزِيزُ ٱلۡحَكِيمُ ٢٧

28. Ntumwa y'Imana! Ntitwanakurungitse kiretse ku bantu bose, kugira ubashikirize inkuru nziza ihumuriza abemeramana, ko bazoronka Ubwami bw'ijuru; ugabishe n'abagarariji ku bihano vy'Imana Allah, ariko rero abenshi mu bantu, ntibazi ivyiza biri mw'irungikwa ryawe kuri bose.

وَمَآ أَرۡسَلۡنَٰكَ إِلَّا كَآفَّةٗ لِّلنَّاسِ بَشِيرٗا وَنَذِيرٗا وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعۡلَمُونَ ٢٨

29. Ababangikanyamana bavuga batebura bati: "Iryo sango ry'umusi w'izuka n'iyegeranywa ry'ibiremwa, rizoshika ryari ga Muhama? Wewe n'abemeramana muri kumwe, nimwaba muri imvugakuri, nimutubwire isango ry'uyo musi!".

وَيَقُولُونَ مَتَىٰ هَٰذَا ٱلۡوَعۡدُ إِن كُنتُمۡ صَٰدِقِينَ ٢٩

30. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Murafise isango mwagenewe ryo kwegeranirizwako ku musi w'izuka; iryo sango rero niryagera, ntihazorengako akanya na gato ngo mwigaye, eka ntihazonashika ko mwegeranywa ritaragera".

قُل لَّكُم مِّيعَادُ يَوۡمٖ لَّا تَسۡتَـٔۡخِرُونَ عَنۡهُ سَاعَةٗ وَلَا تَسۡتَقۡدِمُونَ ٣٠

31. Abagararije na bo bavuze bati: "Ntiturota twemera iyi Qor'ani, eka ntitunarota twemera n'Ibitabu vya Tawurati, Injili na Zaburi vyamanuwe imbere yayo". Ntumwa y'Imana! Iyo uba wobona ukuntu abirenganije mu kugarariza bahagaritswe imbere y'Imana yabo Rurema

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لَن نُّؤۡمِنَ بِهَٰذَا ٱلۡقُرۡءَانِ وَلَا بِٱلَّذِي بَيۡنَ يَدَيۡهِۗ وَلَوۡ تَرَىٰٓ إِذِ ٱلظَّٰلِمُونَ مَوۡقُوفُونَ عِندَ رَبِّهِمۡ يَرۡجِعُ

Allah kugira Ibaharurire, baharira hagati yabo mu gutanako imiragwe, wobonye igitangaza giteye ubwoba; aho abacinyijwe bavuga babwira abagize amanyama bakihambaza mu kubahubisha bati: “Iyo hataba mwebwe mwaduhubishije, ni ukuri twari kuba abemeramana koko”.

بَعۡضُهُمۡ إِلَىٰ بَعۡضٍ ٱلۡقَوۡلَ يَقُولُ ٱلَّذِينَ ٱسۡتُضۡعِفُواْ لِلَّذِينَ ٱسۡتَكۡبَرُواْ لَوۡلَآ أَنتُمۡ لَكُنَّا مُؤۡمِنِينَ ٣١

32. Abagize amanyama bakihambaza, bazoheza babwire abacinyijwe mu guhubishwa bati: “Mbega burya, ni twebwe twabahubishije inzira y’ukwemera inyuma y’aho ibashikiriye! Eka murabaga mwifashe! Ahubwo nyabuna, mwari abanyavyaha kuko mwagararije ku bushake bwanyu”.

قَالَ ٱلَّذِينَ ٱسۡتَكۡبَرُواْ لِلَّذِينَ ٱسۡتُضۡعِفُوٓاْ أَنَحۡنُ صَدَدۡنَٰكُمۡ عَنِ ٱلۡهُدَىٰ بَعۡدَ إِذۡ جَآءَكُمۡ بَلۡ كُنتُم مُّجۡرِمِينَ ٣٢

33. Abacinyijwe, bazoheza babwire abagize amanyama bakihambaza bati: “Ahubwo iturubika n’agacinyizo mwadukorera ijoro n’umurango, ni vyo vyatumye tugwa mu kaga, mwatubwiriza kugarariza Imana Allah no kuyibangikanya mu kuyisenga”. Umugwi wose rero muri iyo migwi yompi, uzokwiyorobeka mu guhisha ukwicuza kwawo igihe wabonye ibihano biwurindiriye. Tuzoheza rero Twebwe Allah Tubohe n’iminyororo mw’izosi abagararije. Ntibazohembwa mu buzima bw’inyuma yo gupfa kiretse ku vyo bakoze kw’isi.

وَقَالَ ٱلَّذِينَ ٱسۡتُضۡعِفُواْ لِلَّذِينَ ٱسۡتَكۡبَرُواْ بَلۡ مَكۡرُ ٱلَّيۡلِ وَٱلنَّهَارِ إِذۡ تَأۡمُرُونَنَآ أَن نَّكۡفُرَ بِٱللَّهِ وَنَجۡعَلَ لَهُۥٓ أَندَادٗاۚ وَأَسَرُّواْ ٱلنَّدَامَةَ لَمَّا رَأَوُاْ ٱلۡعَذَابَۚ وَجَعَلۡنَا ٱلۡأَغۡلَٰلَ فِيٓ أَعۡنَاقِ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْۖ هَلۡ يُجۡزَوۡنَ إِلَّا مَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ٣٣

34. Ntitwigeze Dutuma Intumwa irarikira abantu bo mu gacimbiri kanaka kwemera Imana Imwe Rudende Allah, ikanabagabisha ku bihano vyayo, kiretse ko abatewe iteka bagatwarwa n’ivy’isi, baca bavuga bati: “Mu vy’ukuri ga mwa Ntumwa mwe! Twebwe turagararije ivyo mwarungikanywe”;

وَمَآ أَرۡسَلۡنَا فِي قَرۡيَةٖ مِّن نَّذِيرٍ إِلَّا قَالَ مُتۡرَفُوهَآ إِنَّا بِمَآ أُرۡسِلۡتُم بِهِۦ كَٰفِرُونَ ٣٤

35. Bakinamura n’amanyama n’akantu bati: “No mu vyerekana ko Imana Allah Itwishimiye, ni uko Yaduteye iteka mu kuturonsa amatungo n’abana benshi kubasumba, kandi rero ntiturota duhanwa, haba ng’aha kw’isi canke mu buzima bw’inyuma yo gupfa”.

وَقَالُواْ نَحۡنُ أَكۡثَرُ أَمۡوَٰلٗا وَأَوۡلَٰدٗا وَمَا نَحۡنُ بِمُعَذَّبِينَ ٣٥

36. Ntumwa y’Imana! Vuga uti: “Mu vy’ukuri Imana yanje Rurema Allah, Ironsa uwo Ishatse mu biremwa vyayo, umusesekara w’ibimubeshaho, Ikanagerera uwo Ishatse muri vyo ku mvo z’igeragezwa; ariko rero abenshi mu bantu, ntibazi ko bageragezwa mu kuronswa abana n’ibibabeshaho kw’isi”.

قُلۡ إِنَّ رَبِّي يَبۡسُطُ ٱلرِّزۡقَ لِمَن يَشَآءُ وَيَقۡدِرُ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعۡلَمُونَ ٣٦

37. Amatungo hamwe n’abana vyanyu, si vyo bibahesha icubahiro bikanabegereza kuri Twebwe Allah; ariko abemeye Imana Allah bakanakora n’ivyiza bitegetswe, abo ni bo bagenewe impembo y’ivyo bakoze igwijwe incuro nyinshi, ni na bo rero bazoba bari mu Bwami bw’ijuru bwisununuye, batekaniwe.

وَمَآ أَمۡوَٰلُكُمۡ وَلَآ أَوۡلَٰدُكُم بِٱلَّتِي تُقَرِّبُكُمۡ عِندَنَا زُلۡفَىٰٓ إِلَّا مَنۡ ءَامَنَ وَعَمِلَ صَٰلِحٗا فَأُوْلَٰٓئِكَ لَهُمۡ جَزَآءُ

ٱلضِّعۡفِ بِمَا عَمِلُواْ وَهُمۡ فِي ٱلۡغُرُفَٰتِ ءَامِنُونَ ٣٧

38. Nayo abakoresha urwenge mu kubeshuza Aayah zacu za Qor'ani ngo bazirwanye, bagahakana n'Intumwa zacu bivuye inyuma, bakaburagiza n'abantu kwinjira mw'idini, bibwira ko bazotunanira Twebwe Allah; abo, ni bo bantu rero bazoshirwa mu bihano vy'umuriro wa Jahannamu, bazoba bacungerewe n'abamalayika bajejwe kuwucungera "Al-Zabaaniya".

وَٱلَّذِينَ يَسۡعَوۡنَ فِيٓ ءَايَٰتِنَا مُعَٰجِزِينَ أُوْلَٰٓئِكَ فِي ٱلۡعَذَابِ مُحۡضَرُونَ ٣٨

39. Ntumwa y'Imana! Bwira abahendwa n'ubwinshi bw'amatungo n'abana uti: "Mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, Ironsa uwo Ishatse mu biremwa vyayo umusesekara w'ibimubeshaho, Ikanagerera uwo Ishatse muri vyo ku mvo z'igeragezwa. Ico ari co cose rero mutanze ku bw'Imana Allah, Iraheza Ikakibasubiriza mu ndumane kw'isi, Ikazonakibahembera mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni na Yo rero Mwiza w'abaronsa ibibeshaho ibiremwa[1].

قُلۡ إِنَّ رَبِّي يَبۡسُطُ ٱلرِّزۡقَ لِمَن يَشَآءُ مِنۡ عِبَادِهِۦ وَيَقۡدِرُ لَهُۥۚ وَمَآ أَنفَقۡتُم مِّن شَيۡءٖ فَهُوَ يُخۡلِفُهُۥۖ وَهُوَ خَيۡرُ ٱلرَّٰزِقِينَ ٣٩

40. Ntumwa y'Imana! Ibuka umusi Imana Allah Yegeranirije hamwe ababangikanyamana n'abo basenga mu bamalayika mu gishingo cayo, hanyuma Ikabwira abamalayika mu gutetereza ababasenga Iti: "Mbega aba, ni mwebwe basenga mu gishingo canje?";

وَيَوۡمَ يَحۡشُرُهُمۡ جَمِيعٗا ثُمَّ يَقُولُ لِلۡمَلَٰٓئِكَةِ أَهَٰٓؤُلَآءِ إِيَّاكُمۡ كَانُواْ يَعۡبُدُونَ ٤٠

41. Abamalayika bagaheza bakishura bati: "Ukuninahazwa ni ukwawe Mana, ntibikabe ko Ubangikanywa! Ni Wewe Muhagarikizi wacu twumvira tugasenga. Ahubwo bahora basenga ibigirwamana mu Majini kuko abenshi muri bo, ni yo bemera";

قَالُواْ سُبۡحَٰنَكَ أَنتَ وَلِيُّنَا مِن دُونِهِمۖ بَلۡ كَانُواْ يَعۡبُدُونَ ٱلۡجِنَّۖ أَكۡثَرُهُم بِهِم مُّؤۡمِنُونَ ٤١

42. Kuri uyo musi w'iyegeranywa rero, ibigirwamana nta co bizomarira ababisenga, eka nta n'ico bizobicira.

فَٱلۡيَوۡمَ لَا يَمۡلِكُ بَعۡضُكُمۡ لِبَعۡضٖ نَّفۡعٗا وَلَا ضَرّٗا وَنَقُولُ لِلَّذِينَ ظَلَمُواْ ذُوقُواْ عَذَابَ ٱلنَّارِ ٱلَّتِي كُنتُم بِهَا تُكَذِّبُونَ ٤٢

Tuzonabwira abirenganije mw'ibangikanyamana, Duti: "Nimuhonje rero ibihano vyo mu muriro mwahora muhakana mwivuye inyuma ko utabaho".

43. Iyo abagarariji b'i Makka basomewe Aayah zacu za Qor'ani zitomoye, bavuga bati: "Uyu Muhamadi, si ikindi, kiretse ko ari umuntu agomba kubabuza isengwa ry'imana zamye zisengwa na ba so kuva na kera na rindi"; bakongera bakavuga bati: "Muhama! Iyi Qor'ani udusomera, si ikindi kiretse ko ari amajambo yawe y'irementanya, si n'ayo wahishuriwe namba". Abagararije na bo, barinamuye igihe bashikiwe na Qor'ani bati: "Iyi Qor'ani, si ikindi kiretse ko ari uburozi bweruye".

وَإِذَا تُتۡلَىٰ عَلَيۡهِمۡ ءَايَٰتُنَا بَيِّنَٰتٖ قَالُواْ مَا هَٰذَآ إِلَّا رَجُلٞ يُرِيدُ أَن يَصُدَّكُمۡ عَمَّا كَانَ يَعۡبُدُ ءَابَآؤُكُمۡ وَقَالُواْ مَا هَٰذَآ إِلَّآ إِفۡكٞ مُّفۡتَرٗىۚ وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لِلۡحَقِّ لَمَّا جَآءَهُمۡ إِنۡ هَٰذَآ إِلَّا سِحۡرٞ مُّبِينٞ ٤٣

[1] Nimusabe rero ibibabeshaho Imana Allah Yo Yonyene, muheze muronderere mu birekuwe mu buryo burekuwe.

44. Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah, ntitwigeze Tumanurira abagarariji b'i Makka imbere y'ihishurwa rya Qor'ani, ibitabu basomamwo ko Qor'ani wahishuriwe ari uburozi, eka nta n'Intumwa Twabarungikiye imbere y'irungikwa ryawe, ibagabisha ku bihano vyacu.

وَمَآ ءَاتَيۡنَٰهُم مِّن كُتُبٖ يَدۡرُسُونَهَاۖ وَمَآ أَرۡسَلۡنَآ إِلَيۡهِمۡ قَبۡلَكَ مِن نَّذِيرٖ ٤٤

45. Abantu bo hambere y'abagarariji b'i Makka, barahakanye bivuye inyuma Intumwa zacu, ntitwanahaye abagarariji b'i Makka n'ica cumi c'ivyo Twahaye abo hambere y'abo; mu nguvu n'inkomezi, mu bwinshi bw'amatungo no kuramba, n'ibindi; baraheza rero barahakana bivuye inyuma Intumwa zanje Jewe Allah, Nca Ndabahonya. Mbega none ukubihaniza kwanje Jewe Allah kutangarariza, kwabashikanye kuki atari ibihano!

وَكَذَّبَ ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِمۡ وَمَا بَلَغُواْ مِعۡشَارَ مَآ ءَاتَيۡنَٰهُمۡ فَكَذَّبُواْ رُسُلِي فَكَيۡفَ كَانَ نَكِيرِ ٤٥

46. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abahakanyi uti: "Ni ukuri jewe, ndabahanuye ko mugira ikintu kimwe; ko muhagurukira iyumviramana muri babiribabiri n'umwumwe, hanyuma mwiyumvire ku vyo muvuga kuri mugenzi wanyu[1], eka ntiyigeze akeherwa n'ubwenge namba, we si ikindi atari Umugabisha kuri mwebwe, ko mwokwiyubara ibihano bikaze vy'umuriro wa Jahannamu, maze mukavyirinda bitarabashikira".

۞قُلۡ إِنَّمَآ أَعِظُكُم بِوَٰحِدَةٍۖ أَن تَقُومُواْ لِلَّهِ مَثۡنَىٰ وَفُرَٰدَىٰ ثُمَّ تَتَفَكَّرُواْۚ مَا بِصَاحِبِكُم مِّن جِنَّةٍۚ إِنۡ هُوَ إِلَّا نَذِيرٞ لَّكُم بَيۡنَ يَدَيۡ عَذَابٖ شَدِيدٖ ٤٦

47. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abagarariji uti: "Nta mpembo ndigera ndabasaba kw'ishikirizabutumwa ryanje, kanatsinda ni no ku neza yanyu, impembo yanje ndayiziga ku Mana Allah, ni na Yo Ibona neza ibikorwa vyose vy'ibiremwa, Ikazobibihembera".

قُلۡ مَا سَأَلۡتُكُم مِّنۡ أَجۡرٖ فَهُوَ لَكُمۡۖ إِنۡ أَجۡرِيَ إِلَّا عَلَى ٱللَّهِۖ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ شَهِيدٞ ٤٧

48. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abahakana bivuye inyuma isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, bagahakana n'ubwislamu, uti: "Mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, Iragaragaza ukuri maze ikinyoma kigatekuruka, ni Yo rero Izi neza ibinyegejwe ibiremwa, nta kiyinyegeje mw'ijuru no mw'isi".

قُلۡ إِنَّ رَبِّي يَقۡذِفُ بِٱلۡحَقِّ عَلَّٰمُ ٱلۡغُيُوبِ ٤٨

49. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ukuri kw'amabwirizwa y'ubwislamu kwaramaze kuja ahabona, ikinyoma c'ubugarariji na co kiraheza kirazimangana, kigenda amazimayongo, ntikiriko kiragaruka bushasha kandi ngo gitanguzwe".

قُلۡ جَآءَ ٱلۡحَقُّ وَمَا يُبۡدِئُ ٱلۡبَٰطِلُ وَمَا يُعِيدُ ٤٩

50. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire ababangikanyamana uti: "Ninaramuka mpuvye inzira y'ukuri, ni jewe nyene nzobihanirwa; ninatumbera inzira igororotse nisunze ivyo nahishuriwe n'Imana yanje Rurema Allah, mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah ni Nyenukwumva, Irumva neza ivyo mvuga, Iri na hafi cane y'uwuyisenga akayisaba".

قُلۡ إِن ضَلَلۡتُ فَإِنَّمَآ أَضِلُّ عَلَىٰ نَفۡسِيۖ وَإِنِ ٱهۡتَدَيۡتُ فَبِمَا يُوحِيٓ إِلَيَّ رَبِّيٓۚ إِنَّهُۥ سَمِيعٞ قَرِيبٞ ٥٠

[1] Ari we Ntumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

51. Ntumwa y'Imana! Iyo uba wobona ukuntu abagarariji batekewe n'ubwoba igihe babonye ukuri kwamye ibihano vy'Imana Allah, wobonye igitangaza giteye ubwoba; aho ata saganirizo, ata n'ubuhungiro bw'ibihano bazoronka, maze bafatwe batabwe mu muriro;

وَلَوْ تَرَىٰٓ إِذْ فَزِعُواْ فَلَا فَوْتَ وَأُخِذُواْ مِن مَّكَانٍ قَرِيبٍ ﴿٥١﴾

51. Ntumwa y'Imana! Iyo uba wobona ukuntu abagarariji batekewe n'ubwoba igihe babonye ukuri kwamye ibihano vy'Imana Allah, wobonye igitangaza giteye ubwoba; aho ata saganirizo, ata n'ubuhungiro bw'ibihano bazoronka, maze bafatwe batabwe mu muriro;

وَلَوْ تَرَىٰٓ إِذْ فَزِعُواْ فَلَا فَوْتَ وَأُخِذُواْ مِن مَّكَانٍ قَرِيبٍ ﴿٥١﴾

52. Bamaze kubona nya bihano rero, bazoca bavuga bati: "Twemeye Imana Allah, twemeye n'Ibitabu hamwe n'Intumwa vyayo". Bishoboka gute ko bashika ku kwemera mu buzima bw'inyuma yo gupfa kandi baramaze kugera kure aho bitagikunda!

وَقَالُوٓاْ ءَامَنَّا بِهِۦ وَأَنَّىٰ لَهُمُ ٱلتَّنَاوُشُ مِن مَّكَانٍۭ بَعِيدٍ ﴿٥٢﴾

53. Ni ukuri baragararije Imana Allah, Ibitabu hamwe n'Intumwa vyayo bakiri kw'isi; barondera gushika ku kuri kandi bari mu makenga abata kure yakwo, maze baraguhusha ntibagushikira; nka kurya ata wugema ikintu kandi ari kure cane yaco.

وَقَدْ كَفَرُواْ بِهِۦ مِن قَبْلُۖ وَيَقْذِفُونَ بِٱلْغَيْبِ مِن مَّكَانٍۭ بَعِيدٍ ﴿٥٣﴾

54. Ico gihe rero, abagarariji ntibazokwemererwa gushika ku cipfuzo cabo co kwigaya no kugaruka kw'isi ngo baheze bemere Imana Allah; nk'uko imigwi y'ab'aho hambere yabo itavyemerewe. Mu vy'ukuri bakiri kw'isi, bamana amakenga ateye impungenge ku vyerekeye ukwemera Intumwa, izurwa ry'ibiremwa no guharurirwa ku bikorwa vyavyo.

وَحِيلَ بَيْنَهُمْ وَبَيْنَ مَا يَشْتَهُونَ كَمَا فُعِلَ بِأَشْيَاعِهِم مِّن قَبْلُۚ إِنَّهُمْ كَانُواْ فِى شَكٍّ مُّرِيبٍ ﴿٥٤﴾

35. Faatwir (Rutanguzandemo)
Aayah 45, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Nihashimagizwe Imana Allah, Rutanguzandemo Yaremye amajuru n'isi, Igira abamalayika intumwa Irungika ku bo Ishatse mu biremwa; muri nya bamalayika, harimwo abo Yahaye amababa abirabiri, atatatatu n'anane kugira bashobore kuguruka aho hose batumwe n'Imana Allah, Imana Allah Yongerereza inkomezi mu ndemo uwo Ishatse mu biremwa. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Mushoboravyose, ntakiyinanira.

ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ فَاطِرِ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ جَاعِلِ ٱلْمَلَٰٓئِكَةِ رُسُلًا أُوْلِىٓ أَجْنِحَةٍ مَّثْنَىٰ وَثُلَٰثَ وَرُبَٰعَۚ يَزِيدُ فِى ٱلْخَلْقِ مَا يَشَآءُۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿١﴾

مَّا يَفْتَحِ ٱللَّهُ لِلنَّاسِ مِن رَّحْمَةٍ فَلَا مُمْسِكَ لَهَا ۖ وَمَا يُمْسِكْ فَلَا مُرْسِلَ لَهُۥ مِنۢ بَعْدِهِۦ ۚ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٢﴾

2. Ikintu cose Imana Allah Igomorореye abantu ku mpuhwe zayo mu bibabeshaho; imvura, amagara meza, ubumenyi, n'ibindi mu nema zayo, nta n'umwe ashobora kukizibira ngo ntigishikire abo Yakigeneye. Ni nk'uko nyene kandi ikintu cose Imana Allah Igumije muri izo nema zayo ngo abantu ntibakironke, ata n'umwe ashobora kukibarungikira mu nyuma yayo, ni Yo rero Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ ٱذْكُرُوا۟ نِعْمَتَ ٱللَّهِ عَلَيْكُمْ ۚ هَلْ مِنْ خَٰلِقٍ غَيْرُ ٱللَّهِ يَرْزُقُكُم مِّنَ ٱلسَّمَآءِ وَٱلْأَرْضِ ۚ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ۖ فَأَنَّىٰ تُؤْفَكُونَ ﴿٣﴾

3. Emwe bantu! Nimwibuke inema Imana Allah Yabahaye, maze muyininahaze, muyitazire mu buryo bwose, aho muzoba muri hose, nta mana Yabaremye atari Imana Allah Ibaronsa ibibabeshaho biturutse ku mvura igwa ivuye mu bicu izananye mu kirere, n'ibiva mw'isi mu bimera hamwe n'ubutare, n'ibindi. Nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo. None ni gute muyibangikanya ha kuyisenga ari Imwe Rudende!

وَإِن يُكَذِّبُوكَ فَقَدْ كُذِّبَتْ رُسُلٌ مِّن قَبْلِكَ ۚ وَإِلَى ٱللَّهِ تُرْجَعُ ٱلْأُمُورُ ﴿٤﴾

4. Ntumwa y'Imana! Abantu warungitsweko nibaguhakana bivuye inyuma, si wewe uzoba ubaye uwa mbere, ni ukuri n'Intumwa zarungitswe hambere yawe, abantu zarungitsweko barazihakanye bivuye inyuma, kandi impera n'imperuka ibiremwa vyose bizosubira ku Mana Allah, kugira Ihembe umwumwe wese muri vyo ku rugero rw'ibimukwiye.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ إِنَّ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقٌّ ۖ فَلَا تَغُرَّنَّكُمُ ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَا وَلَا يَغُرَّنَّكُم بِٱللَّهِ ٱلْغَرُورُ ﴿٥﴾

5. Emwe bantu! Mu vy'ukuri, isezerano ry'Imana Allah ryo kubazura no kubahembera ivyo mwakoze, ni iry'ukuri; ntimugahendwe rero n'ibihendamaso vy'ubuzima bwo kw'isi, kandi ntimugahendwe na shetani ngo ibakure ku Mana Allah;

إِنَّ ٱلشَّيْطَٰنَ لَكُمْ عَدُوٌّ فَٱتَّخِذُوهُ عَدُوًّا ۚ إِنَّمَا يَدْعُوا۟ حِزْبَهُۥ لِيَكُونُوا۟ مِنْ أَصْحَٰبِ ٱلسَّعِيرِ ﴿٦﴾

6. Mu vy'ukuri shetani ni umwansi wanyu, na mwe nyene rero nimumugire umwansi, ntimukamwumvire. Ni ukuri shetani irarikira umugwi wayo mu nzira y'ubuhuvyi, kugira uzobe mu bantu bo mu muriro wama wegenyejwe.

ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لَهُمْ عَذَابٌ شَدِيدٌ ۖ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَهُم مَّغْفِرَةٌ وَأَجْرٌ كَبِيرٌ ﴿٧﴾

7. Abahakanye bivuye inyuma ko Imana Allah ari Imwe Rudende, bagahakana n'ivyo bashikirijwe n'Intumwa, barategekanirijwe ibihano bikaze mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Nayo abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakanakora n'ivyiza bitegetswe, bazogumirizwa akabanga ku vyaha vyabo, baheze bababarirwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa, bazonaronka n'impano nta ngere kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru.

أَفَمَن زُيِّنَ لَهُۥ سُوٓءُ عَمَلِهِۦ فَرَءَاهُ حَسَنًا ۖ فَإِنَّ ٱللَّهَ يُضِلُّ مَن يَشَآءُ وَيَهْدِى مَن يَشَآءُ ۖ

8. Uwuryoherejwe na shetani ibikorwa vyiwe bibi maze akabibona ko ari vyiza, yoba angana mu butore n'uwarongowe n'Imana Allah mu nzira igororotse, agaheza agatandukanya icatsi n'ururo, maze iciza

فَلَا تَذْهَبْ نَفْسُكَ عَلَيْهِمْ حَسَرَٰتٍۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٌۢ بِمَا يَصْنَعُونَ ﴿٨﴾

akabona ko ari ciza, ikibi na co akabona ko ari kibi! Mu vy'ukuri Imana Allah, Ihubisha uwo Ishatse ku bugaba bwiwe, Ikarongora uwo Ishatse ku bugamburutsi bwiwe. Ntumwa y'Imana! Ntukicwe rero n'intuntu kubera ubugarariji bw'abaryoherejwe ivy'isi, mu vy'ukuri Imana Allah ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibintu vyose bakoze kw'isi kandi Izobibahembera.

وَٱللَّهُ ٱلَّذِىٓ أَرْسَلَ ٱلرِّيَٰحَ فَتُثِيرُ سَحَابًا فَسُقْنَٰهُ إِلَىٰ بَلَدٍ مَّيِّتٍ فَأَحْيَيْنَا بِهِ ٱلْأَرْضَ بَعْدَ مَوْتِهَاۚ كَذَٰلِكَ ٱلنُّشُورُ ﴿٩﴾

9. Imana Allah, ni Yo Irungika umuyaga ugaheza ugasunika ibicu vy'imvura, maze Twebwe Allah Tukabirungika ahari isi yagadutse igacika ubukumbagare, maze imvura ikahagwa, isi na yo igasubira kunaga igatotahara inyuma y'aho yari ubukumbagare. Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Itotahaza isi y'ubukumbagare igasubira gutotahara - Izosubiza ubuzima ibiremwa vyapfuye bikazuka ku musi w'izuka.

مَن كَانَ يُرِيدُ ٱلْعِزَّةَ فَلِلَّهِ ٱلْعِزَّةُ جَمِيعًاۚ إِلَيْهِ يَصْعَدُ ٱلْكَلِمُ ٱلطَّيِّبُ وَٱلْعَمَلُ ٱلصَّٰلِحُ يَرْفَعُهُۥۚ وَٱلَّذِينَ يَمْكُرُونَ ٱلسَّيِّـَٔاتِ لَهُمْ عَذَابٌ شَدِيدٌۖ وَمَكْرُ أُو۟لَٰٓئِكَ هُوَ يَبُورُ ﴿١٠﴾

10. Uwurondera rero icubahiro c'iteka mu buzima bwo kw'isi canke mu bw'inyuma yo gupfa, arakironderera mw'iyumviramana, burya icubahiro cose c'iteka gikomoka kuri Yo[1]. Ininahaza n'itaziramana riduga ku Mana Allah, n'ibikorwa vyiza nyene Ibiduza kuri Yo. Abagira ubwononyi mu gucumura, barategekanirijwe ibihano bikaze mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ubwononyi bwabo rero nta co buzobashikanako.

وَٱللَّهُ خَلَقَكُم مِّن تُرَابٍ ثُمَّ مِن نُّطْفَةٍ ثُمَّ جَعَلَكُمْ أَزْوَٰجًاۚ وَمَا تَحْمِلُ مِنْ أُنثَىٰ وَلَا تَضَعُ إِلَّا بِعِلْمِهِۦۚ وَمَا يُعَمَّرُ مِن مُّعَمَّرٍ وَلَا يُنقَصُ مِنْ عُمُرِهِۦٓ إِلَّا فِى كِتَٰبٍۚ إِنَّ ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ يَسِيرٌ ﴿١١﴾

11. Bantu! Imana Allah Yaremye so Adamu mw'ivu, hanyuma abamukomotseko Ibarema mw'ima ry'intanga, umugabo asunikira mu gitereko c'umugore, hanyuma Ibagira abagabo n'abagore. Nta n'igitsina-gore rero gisama inda canke ngo kiyivyare, kiretse ku bumenyi bw'Imana Allah; nta n'uwuramba akamara imyaka n'iyindi, eka nta n'uwugabanirizwa imyaka yo kubaho, kiretse ko ivyo vyose biba vyanditswe mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo. Mu vy'ukuri iremwa ryanyu, kumenya ido n'ido ku buzima bwanyu imbere n'inyuma yuko muremwa, biroroshe cane ku Mana Allah.

وَمَا يَسْتَوِى ٱلْبَحْرَانِ هَٰذَا عَذْبٌ فُرَاتٌ سَآئِغٌ شَرَابُهُۥ وَهَٰذَا مِلْحٌ أُجَاجٌۖ وَمِن كُلٍّ تَأْكُلُونَ لَحْمًا طَرِيًّا وَتَسْتَخْرِجُونَ حِلْيَةً تَلْبَسُونَهَاۖ وَتَرَى ٱلْفُلْكَ فِيهِ مَوَاخِرَ لِتَبْتَغُوا۟ مِن فَضْلِهِۦ وَلَعَلَّكُمْ

12. Hari amabahari abiri ahura atandukanye mu kanovera k'amazi yayo; aho usanga amazi y'iri bahari afise akanovera, atemba neza mu muhogo akamara n'inyota; ugasanga amazi y'irindi bahari bihura ari amazi y'icunyunyu; hamwe n'iryo tandukaniro ry'akanovera k'amazi yayo, mw'ibahari rimwe ryose muri yo, muraroba mugafungura ifi zoroshe ziryoshe, mukanacukura ubutare butandukanye muhinguramwo ibisharizo mwambara

[1] Uwurondereye iteka n'icubahiro ku kiremwa nkawe, Imana Allah Iramusuzuguza; nayo uworondereye iteka n'icubahiro kuri Rurema Allah, Imana Allah Iramuha nya teka n'icubahiro.

mukaberwa; uzobona n'ubwato amahanga bugendera mu mazi mu ruja n'uruza rw'urudandazwa, kugira murondere icobabeshaho mu mpano z'Imana Allah, ivyo vyose rero bikerekana ubushobozi bwayo kugira muyishimire ari Imwe Rudende.

تَشْكُرُونَ ﴿١٢﴾

13. Imana Allah Yinjiza igice c'ijoro mu murango, maze umurango ukaba muremure; Ikinjinza igice c'umurango mw'ijoro, maze ijoro rikaba rirerire; Yagize izuba n'ukwezi mwikorako kuba kimwe cose muri vyo gica mu nzira-ntasobwa yaco kugera kw'isango ryagezwe. Iyo rero, ni Yo Mana Allah, Imana yanyu Rurema Nyenubwami, nayo ivyo musaba mu gishingo cayo, nta kintu na kimwe bigaba n'aho coba kingana n'agashishwa kari ku rutete rw'itende.

يُولِجُ ٱلَّيْلَ فِى ٱلنَّهَارِ وَيُولِجُ ٱلنَّهَارَ فِى ٱلَّيْلِ وَسَخَّرَ ٱلشَّمْسَ وَٱلْقَمَرَ ۖ كُلٌّ يَجْرِى لِأَجَلٍ مُّسَمًّى ۚ ذَٰلِكُمُ ٱللَّهُ رَبُّكُمْ لَهُ ٱلْمُلْكُ ۚ وَٱلَّذِينَ تَدْعُونَ مِن دُونِهِۦ مَا يَمْلِكُونَ مِن قِطْمِيرٍ ﴿١٣﴾

14. Emwe bantu! Iyo musavye ibigirwamana mu gishingo c'Imana Allah, ntivyumva igisabisho canyu. N'iyo vyobaye vyumva nya gisabisho, ntivyobaha ivyo musavye; mbere no ku musi w'izuka, bizokwamirira kure ibangikanyamana ryanyu. Ntumwa y'Imana! Nta wokubwira inkuru y'ukuri yoza asumba Muhetuziwavyose Allah.

إِن تَدْعُوهُمْ لَا يَسْمَعُوا۟ دُعَآءَكُمْ وَلَوْ سَمِعُوا۟ مَا ٱسْتَجَابُوا۟ لَكُمْ ۖ وَيَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ يَكْفُرُونَ بِشِرْكِكُمْ ۚ وَلَا يُنَبِّئُكَ مِثْلُ خَبِيرٍ ﴿١٤﴾

15. Emwe bantu! Mwebwe mukeneye Imana Allah muri vyose, nta na kimwe mwikenuyeko ku bwanyu, burya Imana Allah, ni Yo Uwikenuye Yikenuye muri vyose, Nyenugushimwa, Ishimwa mu bihe vyose ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo;

۞ يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ أَنتُمُ ٱلْفُقَرَآءُ إِلَى ٱللَّهِ ۖ وَٱللَّهُ هُوَ ٱلْغَنِىُّ ٱلْحَمِيدُ ﴿١٥﴾

16. Ishatse rero, Yobahonya mukagenda mwese amazimayongo, Igaheza Ikazana ibindi biremwa biyumvira bikayisenga Yo Yonyene Itabangikanywa.

إِن يَشَأْ يُذْهِبْكُمْ وَيَأْتِ بِخَلْقٍ جَدِيدٍ ﴿١٦﴾

17. Kandi ihonywa ryanyu n'isubirizwa ryanyu n'ibindi biremwa, ntivyonanira Imana Allah, ahubwo mbere biroroshe cane kuri Yo.

وَمَا ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ بِعَزِيزٍ ﴿١٧﴾

18. Nta munyavyaha azohanirwa ivyaha vy'uwundi. Uwuzoremerwa n'ivyaha, maze agasaba ko hogira uwumwakira mu kumuremururira umutwaro w'ivyaha, ntazoronka n'umwe amwakira ngo amuremurure n'icaha na kimwe, n'aho yoba ari incuti ya hafi basangiye amaraso; nka se canke mwenewabo. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri wewe, ugabisha abatinya ibihano vy'Imana yabo Rurema Allah kandi batayibona, bakanatsimbataza n'amasengesho akwije ibisabwa ku mwanya wayo. Uwuzokwiyeza mu kudacumura no mu kutabangikanya Imana Allah, azoba yiyejeje ku neza yiwe. Ni ku Mana Allah rero ibiremwa vyose bizosubira kugira Ihembe kimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye.

وَلَا تَزِرُ وَازِرَةٌ وِزْرَ أُخْرَىٰ ۚ وَإِن تَدْعُ مُثْقَلَةٌ إِلَىٰ حِمْلِهَا لَا يُحْمَلْ مِنْهُ شَىْءٌ وَلَوْ كَانَ ذَا قُرْبَىٰ ۗ إِنَّمَا تُنذِرُ ٱلَّذِينَ يَخْشَوْنَ رَبَّهُم بِٱلْغَيْبِ وَأَقَامُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ ۚ وَمَن تَزَكَّىٰ فَإِنَّمَا يَتَزَكَّىٰ لِنَفْسِهِۦ ۚ وَإِلَى ٱللَّهِ ٱلْمَصِيرُ ﴿١٨﴾

19. Nta ho vyakabaye ko igipfamaso mu kutabona ukuri, gishobora kungana mu butore n'umuntu abona agakurikira inzira y'ukuri;

وَمَا يَسْتَوِي ٱلْأَعْمَىٰ وَٱلْبَصِيرُ ﴿١٩﴾

20. Eka n'umuzimagiza w'ubugarariji nta ho usa usana n'umuco w'ukwemera;

وَلَا ٱلظُّلُمَٰتُ وَلَا ٱلنُّورُ ﴿٢٠﴾

21. Eka n'agatutu gapfutse ntigashobora kuba nk'umuyaga w'akayagirizo;

وَلَا ٱلظِّلُّ وَلَا ٱلْحَرُورُ ﴿٢١﴾

22. Eka n'ababayeho ubuzima bw'ukwemera nta ho basa basana n'ibipfamutima vyishwe n'ubugarariji. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irumvira Ikakirira uwo Ishatse mu biremwa. Ntumwa y'Imana! Kurya wewe udashoboye gutuma abari mu mva bumva, ni ko udashoboye gutuma ibipfamutima vyishwe n'ubugarariji vyumva;

وَمَا يَسْتَوِي ٱلْأَحْيَآءُ وَلَا ٱلْأَمْوَٰتُ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُسْمِعُ مَن يَشَآءُ ۖ وَمَآ أَنتَ بِمُسْمِعٍ مَّن فِى ٱلْقُبُورِ ﴿٢٢﴾

23. Burya wewe, nta kindi ujejwe atari ukugabisha ku bihano vy'Imana Allah.

إِنْ أَنتَ إِلَّا نَذِيرٌ ﴿٢٣﴾

24. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twakurungikanye idini ry'ukuri, kugira ushikirize inkuru nziza ihumuriza abemeramana, ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru; wongere ugabishe n'abagarariji ku bihano vy'umuriro bibarindiriye. Nta mugwi n'umwe w'abantu wabayeho rero, kiretse ko warungikiwe Umugabisha ku bihano vy'umuriro.

إِنَّآ أَرْسَلْنَٰكَ بِٱلْحَقِّ بَشِيرًا وَنَذِيرًا ۚ وَإِن مِّنْ أُمَّةٍ إِلَّا خَلَا فِيهَا نَذِيرٌ ﴿٢٤﴾

25. Ababangikanyamana baramutse baguhakanye bivuye inyuma, si wewe uzoba ubaye uwa mbere, ni ukuri abantu b'aho hambere yabo, barahakanye bivuye inyuma Intumwa barungikiwe, hamwe n'uko zaje zifise ibitangaro n'ivyemezo bigaragara, zibangikanije n'Imizingo y'ibitabu irimwo inyigisho hamwe n'Ibitabu bitomora inzira y'ukuri.

وَإِن يُكَذِّبُوكَ فَقَدْ كَذَّبَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ جَآءَتْهُمْ رُسُلُهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ وَبِٱلزُّبُرِ وَبِٱلْكِتَٰبِ ٱلْمُنِيرِ ﴿٢٥﴾

26. Mu nyuma rero, ni ho Jewe Allah Nafata abagarariye Ndabahana bikwiye. Ehe raba rero Ntumwa y'Imana, ukuntu Nabihanije kutagarariza ntibumva, Nca Ndabahana!

ثُمَّ أَخَذْتُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ فَكَيْفَ كَانَ نَكِيرِ ﴿٢٦﴾

27. Mbega ntiwabonye ko Imana Allah, Yatumye hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, Turaheza Twebwe Allah, Tumeresha ibiti vy'ivyamwa bitandukanye kw'ibara hakoreshejwe nya mazi; nk'ibitukura, ivyirabura n'ivy'umuhondo, n'ibindi; Turema no mu misozi, imisozi ifise agataka kera, n'iyifise agataka k'umuhondo utandukanye kw'ibara, hamwe n'iyindi misozi rero ifise agataka kirabura tsiritsiri!

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ أَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَأَخْرَجْنَا بِهِۦ ثَمَرَٰتٍ مُّخْتَلِفًا أَلْوَٰنُهَا ۚ وَمِنَ ٱلْجِبَالِ جُدَدٌۢ بِيضٌ وَحُمْرٌ مُّخْتَلِفٌ أَلْوَٰنُهَا وَغَرَابِيبُ سُودٌ ﴿٢٧﴾

28. Twaremye no mu bantu, mu nyamaswa n'ibigendagenda mw'isi no mu bitungwa, ibitandukanye kw'ibara; nk'ibitukura, ivyera n'ivyirabura, n'ibindi. Ni ukuri, abatinya ibihano vy'Imana Allah bakavyirinda, ni abamenyi

وَمِنَ ٱلنَّاسِ وَٱلدَّوَآبِّ وَٱلْأَنْعَٰمِ مُخْتَلِفٌ أَلْوَٰنُهُۥ كَذَٰلِكَ ۗ إِنَّمَا يَخْشَى ٱللَّهَ مِنْ عِبَادِهِ ٱلْعُلَمَٰٓؤُا۟ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ عَزِيزٌ غَفُورٌ ﴿٢٨﴾

bazi Imana Allah ku biyiranga mu mazina n'amatazirano yayo, no mu bushobozi bwayo bwo kurema ibitandukanye kw'ibara kandi inkomoko yavyo ari imwe. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi-ntangere.

29. Mu vy'ukuri, abasoma Igitabu c'Imana Allah ca Qor'ani bakagendera n'amabwirizwa yaco, bagatsimbataza n'amasengesho akwije ibisabwa ku mwanya wayo, bagatanga no mu vyo Twabaronkeje mu buryo butegetswe canke biyemeje mu mpisho no ku mugaragaro, bagakora ivyo vyose barondera urudandazwa rutigera ruhomba ku Mana Allah;

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَتْلُونَ كِتَٰبَ ٱللَّهِ وَأَقَامُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَأَنفَقُواْ مِمَّا رَزَقْنَٰهُمْ سِرًّا وَعَلَانِيَةً يَرْجُونَ تِجَٰرَةً لَّن تَبُورَ ﴿٢٩﴾

30. Izobaha impembo z'ibikorwa vyabo itagabanijwe, Yongere Ibagwirize ku mpano zayo ivyiza vyabo, mu vy'ukuri ni Yo Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenindishi, Isubiriza mu ndumane uwutanga.

لِيُوَفِّيَهُمْ أُجُورَهُمْ وَيَزِيدَهُم مِّن فَضْلِهِۦٓ إِنَّهُۥ غَفُورٌ شَكُورٌ ﴿٣٠﴾

31. Ntumwa y'Imana! Ivyo Twaguhishuriye muri Qor'ani, ni kwo kuri kudahinyuzwa gushimangira Ibitabu vyahishuriwe Intumwa zo hambere yawe. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyerekeye abaja bayo, Nyenukubona, Irabona neza ibikorwa vyabo, kandi Izobibahembera.

وَٱلَّذِىٓ أَوْحَيْنَآ إِلَيْكَ مِنَ ٱلْكِتَٰبِ هُوَ ٱلْحَقُّ مُصَدِّقًا لِّمَا بَيْنَ يَدَيْهِ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ بِعِبَادِهِۦ لَخَبِيرٌۢ بَصِيرٌ ﴿٣١﴾

32. Mu nyuma y'ihonywa ryabo rero, Twebwe Allah, Twahaye Igitabu ca Qor'ani abo Twahisemwo mu baja bacu, barungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Muri bo rero, harimwo uwirenganya mu gucumura, harimwo n'umugororotsi yubahiriza amabwirizwa; hakabamwo rero, n'uwihutira gukora ivyiza bitegetswe n'ibimutonesha ku Mana Allah ku burenganzira bwayo. Ihabwa ry'ico Gitabu rero, ni yo ngabirano nta ngere.

ثُمَّ أَوْرَثْنَا ٱلْكِتَٰبَ ٱلَّذِينَ ٱصْطَفَيْنَا مِنْ عِبَادِنَا ۖ فَمِنْهُمْ ظَالِمٌ لِّنَفْسِهِۦ وَمِنْهُم مُّقْتَصِدٌ وَمِنْهُمْ سَابِقٌۢ بِٱلْخَيْرَٰتِ بِإِذْنِ ٱللَّهِ ۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلْفَضْلُ ٱلْكَبِيرُ ﴿٣٢﴾

33. Imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni", yagenewe kwinjirwamwo abahawe ico Gitabu. Muri Bwo, bazoberwa n'ukwambikwa imiringa y'inzahabu n'ilulu[1], bazoba bambaye n'impuzu za misi yose zishonywe mw'iharire, abagabo ku bagore.

جَنَّٰتُ عَدْنٍ يَدْخُلُونَهَا يُحَلَّوْنَ فِيهَا مِنْ أَسَاوِرَ مِن ذَهَبٍ وَلُؤْلُؤًا ۖ وَلِبَاسُهُمْ فِيهَا حَرِيرٌ ﴿٣٣﴾

34. Mu kwinjira muri nya Bwami, bazovuga bati: "Nihashimagizwe Imana Allah Yo Yatumaze agahinda n'intuntu ku mutima. Mu vy'ukuri Imana yacu Rurema Allah, ni ukuri ni Nyenikigongwe-ntangere kuko Yatubabariye, Nyenindishi kuko Yatwakiririye ibikorwa Ikanatugwiriza indishi;

وَقَالُواْ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ ٱلَّذِىٓ أَذْهَبَ عَنَّا ٱلْحَزَنَ ۖ إِنَّ رَبَّنَا لَغَفُورٌ شَكُورٌ ﴿٣٤﴾

[1] Lulu, ni ubwoko bw'ubutare bwiburungushuye, bucukurwa mw'ibahari, bukaba buboneka mu binyabuzima biba musi yaryo, bukagira amabara atandukanye; nk'ibara ryera, iryirabura, n'ayandi. Ni ubutare buzimvye cane.

35. Ni Yo Yatwakiriye mw'icumbi ry'Ubwami ku ngabirano zayo, aho tutazokwigera turuha, eka ntituzonadebukirwa".

ٱلَّذِىٓ أَحَلَّنَا دَارَ ٱلْمُقَامَةِ مِن فَضْلِهِۦ لَا يَمَسُّنَا فِيهَا نَصَبٌ وَلَا يَمَسُّنَا فِيهَا لُغُوبٌ ﴿٣٥﴾

36. Nayo abagararije Imana Allah n'Intumwa yayo, bategekanirijwe umuriro wa Jahannamu, aho batazokwigera bapfa ngo bawuruhuke; eka ntibazonatezurirwa mu bihano vy'urutavanako, ni nk'ukwo rero Twebwe Allah, Duhana uwimonogoje mu bugarariji.

وَٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لَهُمْ نَارُ جَهَنَّمَ لَا يُقْضَىٰ عَلَيْهِمْ فَيَمُوتُوا۟ وَلَا يُخَفَّفُ عَنْهُم مِّنْ عَذَابِهَا ۚ كَذَٰلِكَ نَجْزِى كُلَّ كَفُورٍ ﴿٣٦﴾

37. Abagarariji, bamaze kurengerwa n'ibihano vyo mu muriro wa Jahannamu, bazotabaza n'agahinda n'akantu bati: "Mana yacu Rurema Allah! Dukure muri uwu muriro, maze Udusubize kw'isi duheze dukore ivyiza bitegetswe tutigeze dukora mu buzima". Imana Allah Izobishura Iti: "Mbega Twebwe Allah, ntitwabahaye kubaho mukaramba ikiringo cari gikwiye, ari uwikebuka akikebuka, Tukanabarungikira n'Umugabisha mu Ntumwa zacu abagabisha ku bihano vyacu! Hamwe n'ivyo vyose, ntimwigeze mwikebuka. Nimuhonje rero ibihano vy'umuriro wa Jahannamu. Burya abirenganya mu kugarariza, nta n'uwubatabara mu kubakingira ibihano bafise".

وَهُمْ يَصْطَرِخُونَ فِيهَا رَبَّنَآ أَخْرِجْنَا نَعْمَلْ صَٰلِحًا غَيْرَ ٱلَّذِى كُنَّا نَعْمَلُ ۚ أَوَلَمْ نُعَمِّرْكُم مَّا يَتَذَكَّرُ فِيهِ مَن تَذَكَّرَ وَجَآءَكُمُ ٱلنَّذِيرُ ۖ فَذُوقُوا۟ فَمَا لِلظَّٰلِمِينَ مِن نَّصِيرٍ ﴿٣٧﴾

38. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irazi neza ibinyegejwe ibiremwa mu majuru n'isi, ni Yo mu vy'ukuri, Izi neza ibinyegejwe mu mishaha y'ibiremwa[1].

إِنَّ ٱللَّهَ عَٰلِمُ غَيْبِ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ إِنَّهُۥ عَلِيمٌۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ﴿٣٨﴾

39. Emwe bantu! Imana Allah, ni Yo Yabagiriye kubaho mukurakuranwa kw'isi. Uwo wese rero agararije isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, ahanirwa iryo garariza ku gatwe kiwe. Burya igarariza ry'abagararirji, nta co ribongerereza ku Mana yabo Rurema Allah, atari ugushavurirwa; eka no kugarariza kwabo Imana Allah, nta co kubongerereza kiretse agahombo no guhona.

هُوَ ٱلَّذِى جَعَلَكُمْ خَلَٰٓئِفَ فِى ٱلْأَرْضِ ۚ فَمَن كَفَرَ فَعَلَيْهِ كُفْرُهُۥ ۖ وَلَا يَزِيدُ ٱلْكَٰفِرِينَ كُفْرُهُمْ عِندَ رَبِّهِمْ إِلَّا مَقْتًا ۖ وَلَا يَزِيدُ ٱلْكَٰفِرِينَ كُفْرُهُمْ إِلَّا خَسَارًا ﴿٣٩﴾

40. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire ababangikanyamana uti: "Nimumbwire ku vyerekeye ubushobozi bw'abo mubangikanya n'Imana Allah mukabasaba mu gishingo cayo, mbega mwonyereka na kimwe baremye kw'isi! Canke boba barafadikanije n'Imana Allah mu kurema amajuru!". Canke Twebwe Allah, Twoba Twarabahaye Igitabu bisunga mu kwemeza ibangikanyamana! Ahubwo rero, abirenganya mu bugarariji, nta sezerano bahana hagati yabo kiretse uruhendo".

قُلْ أَرَءَيْتُمْ شُرَكَآءَكُمُ ٱلَّذِينَ تَدْعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ ۖ أَرُونِى مَاذَا خَلَقُوا۟ مِنَ ٱلْأَرْضِ أَمْ لَهُمْ شِرْكٌ فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ ۚ أَمْ ءَاتَيْنَٰهُمْ كِتَٰبًا فَهُمْ عَلَىٰ بَيِّنَتٍ مِّنْهُ ۚ بَلْ إِن يَعِدُ ٱلظَّٰلِمُونَ بَعْضُهُم بَعْضًا إِلَّا غُرُورًا ﴿٤٠﴾

---

[1] Nko kugira amakenga mu mushaha w'umuntu mu kwemera isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, canke mu kwemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), canke mu kutubahiriza amabwirizwa ku bitari ivyo.

41. Mu vy'ukuri Imana Allah, Igumije amajuru n'isi kugira bigume aho biri bidahungabanye. Mu gihe rero vyohungabana bikava aho biri, nta n'umwe havuye Imana Allah yoshobora kubigumya akabigumiza aho bitegerezwa kuba; mu vy'ukuri, ni Yo Yamye ari Nyenubwitonzi-ntangere, ntiyihutira guhana ibigaba, Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya.

۞إِنَّ ٱللَّهَ يُمۡسِكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ أَن تَزُولَاۚ وَلَئِن زَالَتَآ إِنۡ أَمۡسَكَهُمَا مِنۡ أَحَدٖ مِّنۢ بَعۡدِهِۦٓۚ إِنَّهُۥ كَانَ حَلِيمًا غَفُورٗا ٤١

42. Abagararije mu bwoko bw'Abakorayishi, bararahiye bararengwa kw'Izina ry'Imana Allah, indahiro zitabaho, ko mu gihe boshikirwa n'Umugabisha abagabisha ku bihano vy'Imana Allah, bazomwumvira bakaba abagororotsi kurusha abayahudi n'abanaswara. Igitangaje rero, ni uko bamaze gushikirwa n'Umugabisha Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ata co vyabongerereje kiretse ubugaba bwo kutikebuka, guhonyanga no kwamirira kure ukuri.

وَأَقۡسَمُواْ بِٱللَّهِ جَهۡدَ أَيۡمَٰنِهِمۡ لَئِن جَآءَهُمۡ نَذِيرٞ لَّيَكُونُنَّ أَهۡدَىٰ مِنۡ إِحۡدَى ٱلۡأُمَمِۖ فَلَمَّا جَآءَهُمۡ نَذِيرٞ مَّا زَادَهُمۡ إِلَّا نُفُورًا ٤٢

43. Ntibarahiye rero bemanga ukuri, ahubwo barahiye ku mvo zo kugira amanyama no kwihambaza ku bantu kw'isi, barondera gukwiragiza ubwononyi; kira noneho inkurikizi y'ubwononyi, igaruka kuri bene bwo. Mbega abakwiragiza ubwononyi kw'isi, hoba hari ikindi barindiriye atari uguhanwa nk'ab'aho hambere yabo! Ntumwa y'Imana! Genda ugendereze, nta hantu na hamwe uzosanga Twarigeze kudohoka ku ngingo yo guhana abagarariji bagenzwa n'ubwononyi.

ٱسۡتِكۡبَارٗا فِي ٱلۡأَرۡضِ وَمَكۡرَ ٱلسَّيِّئِۚ وَلَا يَحِيقُ ٱلۡمَكۡرُ ٱلسَّيِّئُ إِلَّا بِأَهۡلِهِۦۚ فَهَلۡ يَنظُرُونَ إِلَّا سُنَّتَ ٱلۡأَوَّلِينَۚ فَلَن تَجِدَ لِسُنَّتِ ٱللَّهِ تَبۡدِيلٗاۖ وَلَن تَجِدَ لِسُنَّتِ ٱللَّهِ تَحۡوِيلًا ٤٣

44. Mbega abagarariji b'i Makka, ntibaragendagenda kw'isi ngo birabire ukuntu iherezo ry'ababahakanyi b'aho hambere yabo ryagenze! Kandi bari n'abantu bafise n'inguvu kubarusha[1], baragararije Imana Allah Ica Irabahonya. Imana Allah rero, nta na kimwe coyinanira ngo gicaruke aho coba kiri hose mu majuru canke mw'isi. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikorwa vy'ibiremwa, Mushoboravyose, Irashoboye no kubihonya.

أَوَلَمۡ يَسِيرُواْ فِي ٱلۡأَرۡضِ فَيَنظُرُواْ كَيۡفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِمۡ وَكَانُوٓاْ أَشَدَّ مِنۡهُمۡ قُوَّةٗۚ وَمَا كَانَ ٱللَّهُ لِيُعۡجِزَهُۥ مِن شَيۡءٖ فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَلَا فِي ٱلۡأَرۡضِۚ إِنَّهُۥ كَانَ عَلِيمٗا قَدِيرٗا ٤٤

45. Iyo Imana Allah Yihutira guhana abantu ku vyaha vy'ivyo barondeye, ntiyari gusigaza kw'isi ikiremwa na kimwe kigendagenda, ariko rero Itenyenya kubahana gushika kw'isango ntarengwa ry'umwe wese muri bo ryo gupfa. Isango ry'umwe wese muri bo rero niryagera, Izohanira umwe wese ku vyo yakoze, mu vy'ukuri Imana Allah, Yamye Ibona neza ibikorwa vy'abaja bayo, ni Nyenukubona, kandi Izobibahembera.

وَلَوۡ يُؤَاخِذُ ٱللَّهُ ٱلنَّاسَ بِمَا كَسَبُواْ مَا تَرَكَ عَلَىٰ ظَهۡرِهَا مِن دَآبَّةٖ وَلَٰكِن يُؤَخِّرُهُمۡ إِلَىٰٓ أَجَلٖ مُّسَمّٗىۖ فَإِذَا جَآءَ أَجَلُهُمۡ فَإِنَّ ٱللَّهَ كَانَ بِعِبَادِهِۦ بَصِيرَۢا ٤٥

[1] Nka Bene Aadi na Bene Thamuudi.

36. Yaasiin (Yaa Siin)
Aayah 83, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يسٓ ﴿١﴾

1. Yaa Siin[1].

وَٱلْقُرْءَانِ ٱلْحَكِيمِ ﴿٢﴾

2. Jewe Allah, Ndarahiye kuri iyo Qor'ani itomora neza imvo n'imvano z'ingingo n'amabwirizwa;

إِنَّكَ لَمِنَ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿٣﴾

3. Ndarahiye mu vy'ukuri, ko wewe Muhamadi uri Intumwa mu Ntumwa z'Imana zahishuriwe zikarungikwa kurongora ibiremwa;

عَلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٤﴾

4. Uri mu nzira y'Imana Allah igororotse y'ubwislamu;

تَنزِيلَ ٱلْعَزِيزِ ٱلرَّحِيمِ ﴿٥﴾

5. Qor'ani yamanuwe n'Imana Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo!

لِتُنذِرَ قَوْمًا مَّآ أُنذِرَ ءَابَآؤُهُمْ فَهُمْ غَٰفِلُونَ ﴿٦﴾

6. Ntumwa y'Imana! Warungikanwe Qor'ani, kugira ugabishe ku bihano vy'Imana Allah, abantu ba se babo batagabishijwe igihe kirekire, baraheza rero baragotwa ntibemera[2];

لَقَدْ حَقَّ ٱلْقَوْلُ عَلَىٰٓ أَكْثَرِهِمْ فَهُمْ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿٧﴾

7. Ni ukuri abenshi muri bo, bakwiye guhanwa ku kurendegera mw'ibangikanyamana, mu gihe bagabishijwe bagahakana, ntibemera Imana Allah n'Intumwa yayo ngo bakore n'ivyiza bitegetswe;

إِنَّا جَعَلْنَا فِىٓ أَعْنَٰقِهِمْ أَغْلَٰلًا فَهِىَ إِلَى ٱلْأَذْقَانِ فَهُم مُّقْمَحُونَ ﴿٨﴾

8. Mu vy'ukuri, abo bagarariji mu kutemera kwabo, ni nk'abo Twebwe Allah Twabohesheje iminyororo mw'izosi rikomanye n'amaboko, baraheza bararika umutwe baraba hejuru, ntibashobora kubona iciza n'inzira y'ukuri ngo bayikurikire.

وَجَعَلْنَا مِنۢ بَيْنِ أَيْدِيهِمْ سَدًّا وَمِنْ خَلْفِهِمْ سَدًّا فَأَغْشَيْنَٰهُمْ فَهُمْ لَا يُبْصِرُونَ ﴿٩﴾

9. Imbere yabo n'inyuma yabo hose, Twebwe Allah Twarahakingiriye baraheza baba nk'uwugariwe inzira imbere n'inyuma yiwe, maze Duhumya n'amaso yabo, ntibashobora kubona n'inzira ibarongora ku kuri, kubera amanyama n'ubugarariji vyabo[3];

وَسَوَآءٌ عَلَيْهِمْ ءَأَنذَرْتَهُمْ أَمْ لَمْ تُنذِرْهُمْ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿١٠﴾

10. Kuburira abagarariji rero no kutababurira, vyose ni co kimwe. Ntibazokwigera bemera.

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

[2] Iyi Aayah, ihimiriza abamenyi mw'idini, ko bategerezwa kwama bibutsa abantu, kugira ntibagotwe ku mabwirizwa y'Imana Allah.

[3] Ukudashobozwa kubona ukuri ngo ugukurikire, ni co gihano c'uwo wese agira amanyama mu kugarariza ukuri.

11. Ntumwa y'Imana! Wewe mu vy'ukuri, igabisha ryawe ryungura uwemera Qor'ani akubahiriza n'amabwirizwa yayo, akanatinya ibihano vya Nyenimpuhwe Allah mu gihe ari ahihereereye. Uyo rero, mushikirize inkuru nziza ihumuriza, ko azogumirizwa akabanga ku vyaha vyiwe, aheze ababarirwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa, azonaronka n'impano zubashwe kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru.

إِنَّمَا تُنذِرُ مَنِ ٱتَّبَعَ ٱلذِّكۡرَ وَخَشِيَ ٱلرَّحۡمَٰنَ بِٱلۡغَيۡبِۖ فَبَشِّرۡهُ بِمَغۡفِرَةٖ وَأَجۡرٖ كَرِيمٍ ١١

12. Mu vy'ukuri, ni Twebwe Allah Tuzosubiza ubuzima abapfuye, maze bakazuka ku musi w'izuka, Turanandika n'ivyo bakoze vyose, vyaba ivyiza canke ibibi, Tukandika n'ivyo babaye imvo yuko bibandanya gukorwa kw'isi baramaze gupfa, vyaba ivyiza[1] canke ibibi[2], kandi rero ikintu ico ari co cose bakoze, Twarakibungabunze mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudhw".

إِنَّا نَحۡنُ نُحۡيِ ٱلۡمَوۡتَىٰ وَنَكۡتُبُ مَا قَدَّمُواْ وَءَاثَٰرَهُمۡۚ وَكُلَّ شَيۡءٍ أَحۡصَيۡنَٰهُ فِيٓ إِمَامٖ مُّبِينٖ ١٢

13. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana baguhakana, bacire agace k'abantu bigeze kuba mu gacimbiri kari aho, igihe bashikirwa n'Intumwa;

وَٱضۡرِبۡ لَهُم مَّثَلًا أَصۡحَٰبَ ٱلۡقَرۡيَةِ إِذۡ جَآءَهَا ٱلۡمُرۡسَلُونَ ١٣

14. Igihe Twebwe Allah Tubarungikiye Intumwa zibiri, kugira zibararikire isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah bakazihakana bivuye inyuma, Duca Tuzitera intege mu kurungikwa kw'Intumwa igira gatatu, nya Ntumwa uko ari zitatu zikavuga ziti: "Mu vy'ukuri, twebwe turi Intumwa zarungitswe kuri mwebwe".

إِذۡ أَرۡسَلۡنَآ إِلَيۡهِمُ ٱثۡنَيۡنِ فَكَذَّبُوهُمَا فَعَزَّزۡنَا بِثَالِثٖ فَقَالُوٓاْ إِنَّآ إِلَيۡكُم مُّرۡسَلُونَ ١٤

15. Ba bantu bo mu gacimbiri, baraheza bazishura bati: "Mwebwe nta kindi muri, kiretse ko muri abantu nkatwe, kandi Nyenimpuhwe Allah ntiyabahishuriye na kimwe, mwebwe nta co muri kiretse ko mubesha".

قَالُواْ مَآ أَنتُمۡ إِلَّا بَشَرٞ مِّثۡلُنَا وَمَآ أَنزَلَ ٱلرَّحۡمَٰنُ مِن شَيۡءٍ إِنۡ أَنتُمۡ إِلَّا تَكۡذِبُونَ ١٥

16. Nya Ntumwa ziraheza zishura zishimitse ziti: "Imana yacu Rurema Allah, Irazi neza ko mu vy'ukuri twarungitswe kuri mwebwe;

قَالُواْ رَبُّنَا يَعۡلَمُ إِنَّآ إِلَيۡكُمۡ لَمُرۡسَلُونَ ١٦

17. Kandi twebwe nta co tujejwe, atari ukubashikiriza gusa ubutumwa butomoye. Ntitujejwe kubahatira ukwemera".

وَمَا عَلَيۡنَآ إِلَّا ٱلۡبَلَٰغُ ٱلۡمُبِينُ ١٧

18. Ba bantu bo mu gacimbiri, baraheza bavuga bati: "Mu vy'ukuri, mwaduteye umwaku, nimutavavanura no kuturarikira isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, ni ukuri tuzobicisha amabuye, kandi ni ukuri tuzobaha ibihano bibabaza".

قَالُوٓاْ إِنَّا تَطَيَّرۡنَا بِكُمۡۖ لَئِن لَّمۡ تَنتَهُواْ لَنَرۡجُمَنَّكُمۡ وَلَيَمَسَّنَّكُم مِّنَّا عَذَابٌ أَلِيمٞ ١٨

19. Za Ntumwa ziraheza zishura ziti: "Umwaku nyabuna, muwuterwa n'ibangikanyamana hamwe n'ibikorwa vyanyu

قَالُواْ طَٰٓئِرُكُم مَّعَكُمۡۚ أَئِن ذُكِّرۡتُم

[1] Nk'umwana basize, ubumenyi bwungura abantu n'imperezwa ifise indishi zibandanya.
[2] Nk'ibangikanyamana canke ibicumuro babaye imvo yuko bibandanya gukorwa kw'isi kandi baramaze gupfa.

bibi. Mbega none kwibutswa ku neza yanyu, ni co cotuma tubatera umwaku mukanadutera ubwoba bwo kwicishwa amabuye no guhanwa! Ahubwo rero, mwebwe muri abantu bimonogoje mu bugarariji".

بَلْ أَنتُمْ قَوْمٌ مُّسْرِفُونَ ﴿١٩﴾

20. Ni ho rero hirya y'igisagara, hava umuntu aje anyaragasa, inyuma y'aho yumviye ko hari umugambi wo kwica nya Ntumwa canke kuzihana, araheza abwira ba bantu bo mu gacimbiri abinginga ati: "Emwe bantu banje! Enda nyabuna rero, nimukurikire Intumwa mwarungikiwe n'Imana Allah;

وَجَآءَ مِنْ أَقْصَا ٱلْمَدِينَةِ رَجُلٌ يَسْعَىٰ قَالَ يَٰقَوْمِ ٱتَّبِعُوا۟ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿٢٠﴾

21. Nimukurikire Intumwa zitigera zibasaba impembo kw'ishikirizabutumwa ryazo; kanatsinda, izo Ntumwa ni n'abagororotsi mu vyo zibararikira;

ٱتَّبِعُوا۟ مَن لَّا يَسْـَٔلُكُمْ أَجْرًا وَهُم مُّهْتَدُونَ ﴿٢١﴾

22. Mbega nobuzwa n'iki gusenga Imana Allah Yandemye, hakaba ari no kuri Yo jewe na mwe tuzosubira!

وَمَا لِىَ لَآ أَعْبُدُ ٱلَّذِى فَطَرَنِى وَإِلَيْهِ تُرْجَعُونَ ﴿٢٢﴾

23. Vyoshoboka gute ko nsenga mu gishingo cayo ibigirwamana ata na kimwe bimaze, mu gihe Nyenimpuhwe Allah Yoshaka ko nshikirwa n'inabi, nya bigirwamana bidashobora kunkingira canke ngo bintabare;

ءَأَتَّخِذُ مِن دُونِهِۦٓ ءَالِهَةً إِن يُرِدْنِ ٱلرَّحْمَٰنُ بِضُرٍّ لَّا تُغْنِ عَنِّى شَفَٰعَتُهُمْ شَيْـًٔا وَلَا يُنقِذُونِ ﴿٢٣﴾

24. Mu vy'ukuri, mu gihe nohirahira nkabangikanya Imana Allah, ni ukuri noba ndi mu buhuvyi bugaragara;

إِنِّىٓ إِذًا لَّفِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٢٤﴾

25. Mu vy'ukuri, jewe nemera Imana yanyu Rurema Allah. Kubera ivyo rero, nimwumve impanuro ndabahaye muheze mwemere". Ni ho rero, ba bantu bo mu gacimbiri baca bamusimbirako baramwica;

إِنِّىٓ ءَامَنتُ بِرَبِّكُمْ فَٱسْمَعُونِ ﴿٢٥﴾

26. Maze yakirwa mu Bwami bw'ijuru abwirwa ati: "Kaze, niwinjire mu Bwami bw'ijuru". Araheza avuga ari mu nema zo mu Bwami bw'ijuru ati: "Ese iyo abantu banje bamenya iherezo ryanje ryiza;

قِيلَ ٱدْخُلِ ٱلْجَنَّةَ ۖ قَالَ يَٰلَيْتَ قَوْمِى يَعْلَمُونَ ﴿٢٦﴾

27. Ese iyo bamenya ukuntu Imana yanje Rurema Allah Yambabariye ivyaha vyanje, Ikanantera iteka ryo kwinjira mu Bwami bw'ijuru, na bo bagaheza bakayemera maze Ikabinjiza mu Bwami bw'ijuru!".

بِمَا غَفَرَ لِى رَبِّى وَجَعَلَنِى مِنَ ٱلْمُكْرَمِينَ ﴿٢٧﴾

28. Mu nyuma y'aho abantu biwe biciye umuhanuzi yaje kwamama ko batohirahira ngo bice Intumwa, bakanazihakana bivuye inyuma, ntitwashotse Tubamanurira ingabo mu kubahana, eka ntivyari binakenewe kubamanurira abamalayika bavuye mw'ijuru ngo bababahane, ariko Twabarungikiye ibihano birabahonya.

۞ وَمَآ أَنزَلْنَا عَلَىٰ قَوْمِهِۦ مِنۢ بَعْدِهِۦ مِن جُندٍ مِّنَ ٱلسَّمَآءِ وَمَا كُنَّا مُنزِلِينَ ﴿٢٨﴾

29. Ihonywa ryabo rero ntiryabaye ukundi, kiretse ivuzwa rimwe gusa ry'akaruru gahonya, ubwo nyene bose bapfira

إِن كَانَتْ إِلَّا صَيْحَةً وَٰحِدَةً فَإِذَا هُمْ خَٰمِدُونَ ﴿٢٩﴾

rimwe, basigara ari ibiziga vyibereye ng'aho.

يَٰحَسۡرَةً عَلَى ٱلۡعِبَادِۚ مَا يَأۡتِيهِم مِّن رَّسُولٍ إِلَّا كَانُواْ بِهِۦ يَسۡتَهۡزِءُونَ ٣٠

30. Ese agahombo n'ukwicuza vy'akataraboneka bizoshikira abagararije ku musi w'izuka, igihe biboneye ibihano ukuri kwamye! Ntibashikirwa n'Intumwa n'imwe irungitswe n'Imana Allah, kiretse ko bayiteburako bakayisuzugura.

أَلَمۡ يَرَوۡاْ كَمۡ أَهۡلَكۡنَا قَبۡلَهُم مِّنَ ٱلۡقُرُونِ أَنَّهُمۡ إِلَيۡهِمۡ لَا يَرۡجِعُونَ ٣١

31. Mbega abatebura ku Ntumwa bakazihakana, ntibabona ko Twebwe Allah, Twahoneje imigwi myinshi y'abahakanye Intumwa hambere yabo, n'uko nya migwi itazogenda igarutse kandi kw'isi mu nyuma y'ihonywa ryayo!

وَإِن كُلٌّ لَّمَّا جَمِيعٌ لَّدَيۡنَا مُحۡضَرُونَ ٣٢

32. Nta n'umwe rero mu bantu, yaba mu migwi Twahoneje canke mu yo Tutahoneje, kiretse ko iyo migwi yose izokwegeranirizwa iwacu Twebwe Allah, ku musi w'izuka kugira iharurirwe, iheze ihemberwe ivyo yakoze.

وَءَايَةٌ لَّهُمُ ٱلۡأَرۡضُ ٱلۡمَيۡتَةُ أَحۡيَيۡنَٰهَا وَأَخۡرَجۡنَا مِنۡهَا حَبّٗا فَمِنۡهُ يَأۡكُلُونَ ٣٣

33. Icemezo cereka ababangikanyamana ko Imana Allah Ishoboye kuzura abapfuye, ni isi yagadutse igacika ubukumbagare, aho Twebwe Allah, Dutuma hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, Tugaheza Tukayitotahaza, maze Tukayinagishako n'ibiterwa mbumbarugo vy'ubwoko butandukanye, hakoreshejwe amazi ya nya mvura, abantu bagaheza bakabifungurako, bo hamwe n'ibitungwa vyabo;

وَجَعَلۡنَا فِيهَا جَنَّٰتٖ مِّن نَّخِيلٖ وَأَعۡنَٰبٖ وَفَجَّرۡنَا فِيهَا مِنَ ٱلۡعُيُونِ ٣٤

34. Maze Tukagira n'imirima y'itende n'iy'imizabibu, Tugaca n'amariba y'amazi atemba kw'isi, kugira bavomere nya mirima.

لِيَأۡكُلُواْ مِن ثَمَرِهِۦ وَمَا عَمِلَتۡهُ أَيۡدِيهِمۡۖ أَفَلَا يَشۡكُرُونَ ٣٥

35. Ivyo vyose rero, Tubigira kugira abantu bafungure ku vyamwa vy'iyo mirima itanaga ngo itotahare ku bw'inguvu n'ubuhinga vyabo. Ubwo none ntiboshimira Imana Allah ku nema zayo z'umurengera!

سُبۡحَٰنَ ٱلَّذِي خَلَقَ ٱلۡأَزۡوَٰجَ كُلَّهَا مِمَّا تُنۢبِتُ ٱلۡأَرۡضُ وَمِنۡ أَنفُسِهِمۡ وَمِمَّا لَا يَعۡلَمُونَ ٣٦

36. Nihaninahazwe rero Imana Allah Yaremye amoko yose y'ibiterwa n'ivyimeza kw'isi, Ikarema igitsina-gabo n'igitsina-gore no mu bantu nyene, no mu bindi biremwa rero batazi[1].

وَءَايَةٞ لَّهُمُ ٱلَّيۡلُ نَسۡلَخُ مِنۡهُ ٱلنَّهَارَ فَإِذَا هُم مُّظۡلِمُونَ ٣٧

37. Biri no mu vyemezo vyereka ababangikanyamana, ko Imana Allah ari Imwe mu bumana no mu bubasha bwayo; ijoro Twebwe Allah Dukurako umuco w'umurango, maze aho bahererye bagaca baja mu muzimagiza waryo;

وَٱلشَّمۡسُ تَجۡرِي لِمُسۡتَقَرّٖ لَّهَاۚ ذَٰلِكَ تَقۡدِيرُ ٱلۡعَزِيزِ ٱلۡعَلِيمِ ٣٨

38. N'izuba rigendera aho ryagenewe n'Imana Allah, ntirirenga canke ngo riseruke hataragera. Iyo rero, ni yo nteguro y'Imana Allah Nyenintsinzi-Mutananirwa, Nyenubumenyikurivyose;

[1] Imana Allah rero, Yaremye ivyo vyose ata we Yifashishije, ntikwiye kubangikanywa na kimwe mu biremwa vyayo mu gusengwa.

39. N'ukwezi nyene, Twebwe Allah, Twakugeneye ibituro vyakwo buri joro, aho mu mboneko zakwo kuba ari guto, kukagenda kurakura gushika n'aho kwiburungushura mu mfato, hanyuma kugatangura kugabanuka bukebuke mu mpito, gushika n'aho kungana n'agati k'itende kumye, kagahishira kakigonda.

وَٱلْقَمَرَ قَدَّرْنَٰهُ مَنَازِلَ حَتَّىٰ عَادَ كَٱلْعُرْجُونِ ٱلْقَدِيمِ ﴿٣٩﴾

40. Izuba rero, ntirishobora guta inzira yaryo ngo riseruke mw'ijoro, riheze rizimanganye umuco w'ukwezi; eka n'ijoro nyene, ntirishobora kwijima imbere yuko umurango urengana. Burya rero izuba, ukwezi n'izindi nyenyeri, kimwe cose kirafise inzira-ntasobwa yaco gicamwo.

لَا ٱلشَّمْسُ يَنۢبَغِى لَهَآ أَن تُدْرِكَ ٱلْقَمَرَ وَلَا ٱلَّيْلُ سَابِقُ ٱلنَّهَارِ ۚ وَكُلٌّ فِى فَلَكٍ يَسْبَحُونَ ﴿٤٠﴾

41. Hari n'ikindi cemezo cereka ababangikanyamana ko Imana Allah Ikwiye gusengwa ari Imwe Rudende Itabangikanywa, ni uko Twebwe Allah, Twarokoye mw'isegenya bamwe mu ruvyaro bakomokako rwa Adamu, maze Tubarerura mu bwato bwa Nuhu bwari burimwo amoko atandukanye y'ibiremwa vyose vy'igitsina-gabo n'igitsina-gore, ivyo bikaba ari na vyo vyahavuye biba intango y'ukurondoka bushasha;

وَءَايَةٌ لَّهُمْ أَنَّا حَمَلْنَا ذُرِّيَّتَهُمْ فِى ٱلْفُلْكِ ٱلْمَشْحُونِ ﴿٤١﴾

42. Twaranaremeye abo babangikanyamana n'abandi, ibindi bibunguruza nk'ubwato bwa Nuhu[1].

وَخَلَقْنَا لَهُم مِّن مِّثْلِهِۦ مَا يَرْكَبُونَ ﴿٤٢﴾

43. Mu gihe Twoshaka rero, Twobasomesha nturi bari mw'ibahari, nta n'uwobatabara muri ico gihe, eka na bo nyene ntiborokotse;

وَإِن نَّشَأْ نُغْرِقْهُمْ فَلَا صَرِيخَ لَهُمْ وَلَا هُمْ يُنقَذُونَ ﴿٤٣﴾

44. Kiretse mu gihe Twobagirira impuhwe Tukabarokora, maze Tukabaha kuryoherwa gato mu buzima bw'isi gushika kw'isango rizwi kugira bikebuke.

إِلَّا رَحْمَةً مِّنَّا وَمَتَٰعًا إِلَىٰ حِينٍ ﴿٤٤﴾

45. Ababangikanyamana iyo babwiwe bati: "Nimwiyubare intureka zo mu buzima bw'inyuma yo gupfa n'ivyago vyo mu buzima bwo kw'isi, kugira mugirirwe impuhwe n'Imana Allah", baraheza bakavyirengagiza bakigira ba sindabibazwa.

وَإِذَا قِيلَ لَهُمُ ٱتَّقُوا۟ مَا بَيْنَ أَيْدِيكُمْ وَمَا خَلْفَكُمْ لَعَلَّكُمْ تُرْحَمُونَ ﴿٤٥﴾

46. Ababangikanyamana, ntibashikirwa n'icemezo mu vyemezo vy'Imana yabo Rurema Allah, kugira kibarongore mu nzira y'ukuri, kiretse ko bacirengagiza bakirabira hirya, maze kikababera impfagusa.

وَمَا تَأْتِيهِم مِّنْ ءَايَةٍ مِّنْ ءَايَٰتِ رَبِّهِمْ إِلَّا كَانُوا۟ عَنْهَا مُعْرِضِينَ ﴿٤٦﴾

47. Abagarariji na bo, iyo babwiwe bati: "Nimutange mu matungo, Imana Allah Yabaronkeje"; baca bigovyora babwira abemeramana bati: "Vyoshoboka gute ko dufungurira umuntu, Imana Allah Ishatse Yari kumufungurira! Bemeramana! Mwebwe nta co muri, kiretse ko muri mu muzimagiza uri kure cane y'ukuri".

وَإِذَا قِيلَ لَهُمْ أَنفِقُوا۟ مِمَّا رَزَقَكُمُ ٱللَّهُ قَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لِلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ أَنُطْعِمُ مَن لَّوْ يَشَآءُ ٱللَّهُ أَطْعَمَهُۥٓ إِنْ أَنتُمْ إِلَّا فِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٤٧﴾

[1] Haba mu kwiyunguruza imusozi canke mu mazi.

48. Abagarariji, barinamuye mu guhakana bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa bati: "Muhama! Mbega ubona iryo sango ryo guhanirwako ku musi w'izuka, rizoshika ryari nimwaba wewe n'abemeramana muri kumwe, muri imvugakuri?".

وَيَقُولُونَ مَتَىٰ هَٰذَا ٱلْوَعْدُ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٤٨﴾

49. Abagarariji bihutira gusaba ibihano, nta n'ikindi barindiriye kugira bahanwe, kiretse ivuzwa ry'inzamba y'umuhero w'isi, uzobashikira giturumbuka ata n'uwo bari biteze, ukabasanga bari mu mpari bahazana mu vy'isi;

مَا يَنظُرُونَ إِلَّا صَيْحَةً وَٰحِدَةً تَأْخُذُهُمْ وَهُمْ يَخِصِّمُونَ ﴿٤٩﴾

50. Ico gihe rero, ntibazoshobora no kugira uwo baraga n'ikintu na kimwe, eka ntibazoshobora no kugaruka mu miryango yabo, bazopfira aho bazoba bari;

فَلَا يَسْتَطِيعُونَ تَوْصِيَةً وَلَآ إِلَىٰٓ أَهْلِهِمْ يَرْجِعُونَ ﴿٥٠﴾

51. Inzamba igira kabiri izoheza ivuzwe, ibiremwa bice bisubizwa ubuzima, ubwo nyene bive mu kuzimu, maze bigende binyaragasa ku Mana yavyo Rurema Allah;

وَنُفِخَ فِى ٱلصُّورِ فَإِذَا هُم مِّنَ ٱلْأَجْدَاثِ إِلَىٰ رَبِّهِمْ يَنسِلُونَ ﴿٥١﴾

52. Abahakanye bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa, bace bavuga bicuza bati: "Amagorwa arama yemwe! Ni nde ga ntuze atuzuye akadukura aho twari twibereye!"; ubwo nyene bace bishurwa bati: "Iri, ni rya sango mwasezeranirwa na Nyenimpuhwe Allah, mugashikirizwa n'Intumwa zayo ko ari iry'ukuri".

قَالُوا۟ يَٰوَيْلَنَا مَنۢ بَعَثَنَا مِن مَّرْقَدِنَا ۜ هَٰذَا مَا وَعَدَ ٱلرَّحْمَٰنُ وَصَدَقَ ٱلْمُرْسَلُونَ ﴿٥٢﴾

53. Izurwa ry'ibiremwa rero, nta n'ico risaba atari ivuzwa ry'inzamba igira kabiri, maze ibiremwa vyose bigaca vyegeranirizwa iwacu Twebwe Allah, kugira biharurirwe biheze bihemberwe ivyo vyakoze.

إِن كَانَتْ إِلَّا صَيْحَةً وَٰحِدَةً فَإِذَا هُمْ جَمِيعٌ لَّدَيْنَا مُحْضَرُونَ ﴿٥٣﴾

54. Kuri uwo musi w'izuka rero, ibiremwa bizotunganirizwa vy'ukuri, nta muntu azorenganywa n'akantu inzatsa, mu kugabanyirizwa ivyiza canke mu kurengerezwa ku vyaha. Eka ntimuzonahemberwa, kiretse ku vyo mwari mwarakoze kw'isi.

فَٱلْيَوْمَ لَا تُظْلَمُ نَفْسٌ شَيْـًٔا وَلَا تُجْزَوْنَ إِلَّا مَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٥٤﴾

55. Mu vy'ukuri, kuri uyo musi abantu bo mu Bwami bw'ijuru, bazoba baryohewe n'inema z'ubwoko bwose, akamwemwe kabasya;

إِنَّ أَصْحَٰبَ ٱلْجَنَّةِ ٱلْيَوْمَ فِى شُغُلٍ فَٰكِهُونَ ﴿٥٥﴾

56. Bo hamwe n'abakenyezi babo, bicaye ku bitanda vy'iteka bisharije, basharamye mu gatutu katarenga;

هُمْ وَأَزْوَٰجُهُمْ فِى ظِلَٰلٍ عَلَى ٱلْأَرَآئِكِ مُتَّكِـُٔونَ ﴿٥٦﴾

57. Muri nya Bwami, bazoronswa amoko yose y'ivyamwa biryoshe, bazoronswa n'ivyo vyose bipfuza biryoshe;

لَهُمْ فِيهَا فَٰكِهَةٌ وَلَهُم مَّا يَدَّعُونَ ﴿٥٧﴾

58. Bazoronka n'iyindi nema ihambaye kuruta zose, indamutso y'amahoro bazoramutswa n'Imana yabo Rurema Nyenimbabazi[1].

سَلَٰمٌ قَوْلًا مِّن رَّبٍّ رَّحِيمٍ ﴿٥٨﴾

[1] Ukuramutswa kwabo n'Imana Nyenimbabazi, kizoba ari co kimenyetso c'uko bari mu mahoro, iteka n'itekane vyamaho.

وَٱمۡتَٰزُواْ ٱلۡيَوۡمَ أَيُّهَا ٱلۡمُجۡرِمُونَ ٥٩

59. Abagarariji kuri uyo musi, bazobwirwa bati: “Emwe banyavyaha! Kuri uno musi, nimwitandukanye n’abemeramana, muheze muje ukwanyu”;

۞أَلَمۡ أَعۡهَدۡ إِلَيۡكُمۡ يَٰبَنِيٓ ءَادَمَ أَن لَّا تَعۡبُدُواْ ٱلشَّيۡطَٰنَۖ إِنَّهُۥ لَكُمۡ عَدُوّٞ مُّبِينٞ ٦٠

60. Maze Imana Allah Iheze Ibabwire n’agashinyaguro n’akantu Iti: “Mbega bagarariji muri Bene Adamu! Sinabahaye amabwirizwa yanje Ndayacishije ku Ntumwa Nabarungikiye, ko mutosenga shetani ngo muyumvire, n’uko mu vy’ukuri shetani kuri mwebwe, ari umwansi agaragara;

وَأَنِ ٱعۡبُدُونِيۚ هَٰذَا صِرَٰطٞ مُّسۡتَقِيمٞ ٦١

61. Nkababwiriza n’uko munyiyegereza mu vyo mukora vyose mukananisenga mutambangikanya na kimwe mu biremwa, kuko iryo ari ryo dini rigororotse Nzobahembera Ubwami bw’ijuru!

وَلَقَدۡ أَضَلَّ مِنكُمۡ جِبِلّٗا كَثِيرًاۖ أَفَلَمۡ تَكُونُواْ تَعۡقِلُونَ ٦٢

62. Ni ukuri, shetani yarahubishije inzira yanje ibiremwa vyinshi muri mwebwe. Mbega babangikanyamana! Ntimwagira akenge ngo mutahure urwanko shetani ibafitiye ngo muheze muyirinde!

هَٰذِهِۦ جَهَنَّمُ ٱلَّتِي كُنتُمۡ تُوعَدُونَ ٦٣

63. Uwu rero, ni wo muriro wa Jahannamu mwahora musezeranirwa mukiri kw’isi, ko muzowinjira nimwagarariza;

ٱصۡلَوۡهَا ٱلۡيَوۡمَ بِمَا كُنتُمۡ تَكۡفُرُونَ ٦٤

64. Nimuwinjire rero kuri uno musi, maze muwote ku kuntu mwagarariza;

ٱلۡيَوۡمَ نَخۡتِمُ عَلَىٰٓ أَفۡوَٰهِهِمۡ وَتُكَلِّمُنَآ أَيۡدِيهِمۡ وَتَشۡهَدُ أَرۡجُلُهُم بِمَا كَانُواْ يَكۡسِبُونَ ٦٥

65. Kuri uno musi rero, Twebwe Allah, Turazivya iminwa y’ababangikanyamana ntibashobore kurikura mu kanwa ngo bavuge, Duheze Tuvugishe amaboko yabo, maze avuge ibibi yakoze, amaguru yabo na yo abagirize ku bibi vyose baja gukora”.

وَلَوۡ نَشَآءُ لَطَمَسۡنَا عَلَىٰٓ أَعۡيُنِهِمۡ فَٱسۡتَبَقُواْ ٱلصِّرَٰطَ فَأَنَّىٰ يُبۡصِرُونَ ٦٦

66. Mu gihe Twoshaka rero, ni ukuri Twobahumya n’amaso nk’uko Twazibije iminwa yabo, bagaheza bakitanganiza kuja kurengana ku kiraro gitambitse hejuru y’umuriro. None vyoshoboka gute kukirenganako, kandi barahumye amaso, batabona n’iyo baja!

وَلَوۡ نَشَآءُ لَمَسَخۡنَٰهُمۡ عَلَىٰ مَكَانَتِهِمۡ فَمَا ٱسۡتَطَٰعُواْ مُضِيّٗا وَلَا يَرۡجِعُونَ ٦٧

67. No mu gihe Twoshaka, ni ukuri Twobahinduye indemo bakaguma aho bari batanyagaza; muri ico gihe, ntiboshoboye gutera intambwe n’imwe imbere canke ngo basubire inyuma.

وَمَن نُّعَمِّرۡهُ نُنَكِّسۡهُ فِي ٱلۡخَلۡقِۖ أَفَلَا يَعۡقِلُونَ ٦٨

68. Uwo Duhaye kuramba bigashika akagera mu za bukuru, Turamutitura mu ndemo agasubira ibwana mu nyifato n’intege nke. Mbega abagarariji ntibogarura akenge ngo batahure ko Imana Allah Ishoboye kugira ivyo vyose, Ishoboye no kubazura!

وَمَا عَلَّمۡنَٰهُ ٱلشِّعۡرَ وَمَا يَنۢبَغِي لَهُۥٓۚ إِنۡ هُوَ إِلَّا ذِكۡرٞ وَقُرۡءَانٞ مُّبِينٞ ٦٩

69. Twebwe Allah, ntitwigeze Twigisha Intumwa Muhamadi kwivuga amazina, eka ntivyari binayikwiye namba ko iba umwivuzi w’amazina. Iki Gitabu yabazaniye,

si ikindi kiretse ko ari urwibutso n'inyigisho ku wushaka kwikebuka; kikaba na Qor'ani itomoye neza, mu nsiguro, mu ngingo z'ibirekuwe n'ibizira, ikaba inatomoye neza kandi no mu burongozi bwayo;

70. Kugira igabishe ku bihano vy'Imana Allah, uwo wese afise umushaha utegera ugakurikira ukuri, maze ibihano vyagire abagarariji inyuma y'aho bashikiwe na Qor'ani, bakayihakana bivuye inyuma.

لِّيُنذِرَ مَن كَانَ حَيًّا وَيَحِقَّ ٱلْقَوْلُ عَلَى ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٧٠﴾

71. Mbega abantu ntibabona ko Twebwe Allah, Twabaremeye ibitungwa ku neza yabo, Tubaha kubigaba no kubiganza;

أَوَلَمْ يَرَوْا۟ أَنَّا خَلَقْنَا لَهُم مِّمَّا عَمِلَتْ أَيْدِينَآ أَنْعَٰمًا فَهُمْ لَهَا مَٰلِكُونَ ﴿٧١﴾

72. Tubashoboza no kuvyikorako! Muri vyo rero; harimwo ivyo bikorako mu ngendo z'uruja n'uruza, no mu kwunguruza ivyankenerwa, harimwo n'ivyo baheza bagafungura.

وَذَلَّلْنَٰهَا لَهُمْ فَمِنْهَا رَكُوبُهُمْ وَمِنْهَا يَأْكُلُونَ ﴿٧٢﴾

73. Baranafise n'ibindi bibafitiye akamaro bikomoka kuri nya bitungwa; nk'ubwoya n'insato, n'ibindi, hamwe rero n'amata banywa. Mbega abantu ntiboshimira Imana Allah ku nema zayo, bagaheza bakayisenga ari Imwe Rudende!

وَلَهُمْ فِيهَا مَنَٰفِعُ وَمَشَارِبُ ۖ أَفَلَا يَشْكُرُونَ ﴿٧٣﴾

74. Ababangikanyamana bagize mu gishingo c'Imana Allah ibigirwamana, maze barabisenga barondera ko bibatabara bikabakingira ibihano vyayo;

وَٱتَّخَذُوا۟ مِن دُونِ ٱللَّهِ ءَالِهَةً لَّعَلَّهُمْ يُنصَرُونَ ﴿٧٤﴾

75. Ivyo bigirwamana, ntibishoboye namba gutabara ababisenga, eka na vyo nyene nta co vyimariye. Ababangikanyamana hamwe n'ivyo basenga, bose bazokwegeranirizwa hamwe mu bihano batanako umwikomo.

لَا يَسْتَطِيعُونَ نَصْرَهُمْ وَهُمْ لَهُمْ جُندٌ مُّحْضَرُونَ ﴿٧٥﴾

76. Ntumwa y'Imana! Ntugatuntuzwe n'igarariza hamwe n'itebura vyabo; mu vy'ukuri Twebwe Allah, Turazi neza ivyo bakorera mu mpisho n'ivyo bakorera ku mugaragaro, Tuzoheza Tubibahembere.

فَلَا يَحْزُنكَ قَوْلُهُمْ ۘ إِنَّا نَعْلَمُ مَا يُسِرُّونَ وَمَا يُعْلِنُونَ ﴿٧٦﴾

77. Mbega umuntu ahakana yivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa, ntabona ko Twebwe Allah, Twamuremye mw'ima ry'intanga, amaze gukura aca ahinduka umuharirizi ruhebwa;

أَوَلَمْ يَرَ ٱلْإِنسَٰنُ أَنَّا خَلَقْنَٰهُ مِن نُّطْفَةٍ فَإِذَا هُوَ خَصِيمٌ مُّبِينٌ ﴿٧٧﴾

78. Araheza aducira agace kataroranye mu kugereranya ubushobozi bw'Imana Allah Yaremye, n'ubushobozi bw'ico Yaremye, maze yibagira intango y'iremwa ryiwe, arinamura ati: "Ni nde yosubiza ubuzima amagufa kandi yaramaze kubora akavungagurika!".

وَضَرَبَ لَنَا مَثَلًا وَنَسِىَ خَلْقَهُۥ ۖ قَالَ مَن يُحْىِ ٱلْعِظَٰمَ وَهِىَ رَمِيمٌ ﴿٧٨﴾

79. Ntumwa y'Imana! Vuga umwishure uti: "Iyosubiza ubuzima nya magufa, ni Iyayaremye ubwa mbere, ni na Yo Izi neza iremwa ry'ibiremwa vyose, ni Nyenubumenyikurivyose";

قُلْ يُحْيِيهَا ٱلَّذِىٓ أَنشَأَهَآ أَوَّلَ مَرَّةٍ ۖ وَهُوَ بِكُلِّ خَلْقٍ عَلِيمٌ ﴿٧٩﴾

80. Ni Yo Yabagiriye umuriro mu gutsita igiti kibisi ku kindi, maze mu kanya isase mugacana umuriro muri nya giti[1].

ٱلَّذِى جَعَلَ لَكُم مِّنَ ٱلشَّجَرِ ٱلْأَخْضَرِ نَارًا فَإِذَآ أَنتُم مِّنْهُ تُوقِدُونَ ﴿٨٠﴾

81. Ubwo none, Imana Allah Yaremye amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo, ntishoboye gusubiza ubuzima ibiremwa bikazuka bidora nk'ubwa mbere igihe Ibirema! Yobuzwa n'iki kandi ari Yo Nyenukurema Yaremye ikintu ico ari co cose, Nyenubumenyikurivyose!

أَوَلَيْسَ ٱلَّذِى خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ بِقَٰدِرٍ عَلَىٰٓ أَن يَخْلُقَ مِثْلَهُم ۚ بَلَىٰ وَهُوَ ٱلْخَلَّٰقُ ٱلْعَلِيمُ ﴿٨١﴾

82. Ni ukuri, iyo Imana Allah Ishatse ikintu ico ari co cose ko kiba, Ikibwira gusa Iti: "Ba" kigaca kiba ubwo nyene.

إِنَّمَآ أَمْرُهُۥٓ إِذَآ أَرَادَ شَيْـًٔا أَن يَقُولَ لَهُۥ كُن فَيَكُونُ ﴿٨٢﴾

83. Nihaninahazwe rero Imana Allah, Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibintu vyose, ni no kuri Yo muzosubizwa mumaze gupfa, kugira muharurirwe muheze muhemberwe ivyo mwakoze.

فَسُبْحَٰنَ ٱلَّذِى بِيَدِهِۦ مَلَكُوتُ كُلِّ شَىْءٍ وَإِلَيْهِ تُرْجَعُونَ ﴿٨٣﴾

37. As-Swaaffaat (Abamalayika batonze)
Aayah 182, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ndarahiye Jewe Allah, ku bamalayika batonda ku murongo mu gusenga;

وَٱلصَّٰٓفَّٰتِ صَفًّا ﴿١﴾

2. No ku bamalayika basunika ibicu vy'imvura kw'itegeko ryanje;

فَٱلزَّٰجِرَٰتِ زَجْرًا ﴿٢﴾

3. No ku bamalayika basoma urwibutso n'amajambo yanje mu guhishurira Intumwa[2]!

فَٱلتَّٰلِيَٰتِ ذِكْرًا ﴿٣﴾

4. Mu vy'ukuri ga bantu! Imana yanyu mukwiye gusenga Itabangikanywa, ni Imana Imwe Rudende Allah.

إِنَّ إِلَٰهَكُمْ لَوَٰحِدٌ ﴿٤﴾

5. Ni Yo Mana Rurema Yaremye amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo, ni na Yo Mubungabunzi w'izuba mu buseruko no mu burengero bwaryo.

رَّبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَمَا بَيْنَهُمَا وَرَبُّ ٱلْمَشَٰرِقِ ﴿٥﴾

6. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarasharije n'inyenyeri ijuru ryegereye isi;

إِنَّا زَيَّنَّا ٱلسَّمَآءَ ٱلدُّنْيَا بِزِينَةٍ ٱلْكَوَاكِبِ ﴿٦﴾

7. Turaheza Turaribungabunga, kugira ntirivogerwe n'uwo wese mu ntagondwa z'amashetani;

وَحِفْظًا مِّن كُلِّ شَيْطَٰنٍ مَّارِدٍ ﴿٧﴾

8. Amashetani rero, ntashobora gushika ahari abamalayika mu majuru ngo aheze asume urusaku kw'ihishurwa ry'ibijanye n'amabwirizwa, ivyagezwe hamwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo. Amashetani ahirahiye

لَّا يَسَّمَّعُونَ إِلَى ٱلْمَلَإِ ٱلْأَعْلَىٰ وَيُقْذَفُونَ مِن كُلِّ جَانِبٍ ﴿٨﴾

[2] Ugutsita igiti kibisi ku kindi maze umuriro ukaka, ni kimwe mu vyemezo vyerekana ubushobozi bw'Imana Allah mu kurema ikintu mu gihushane caco. Ni nk'ukwo nyene rero, Ishoboye gusubiza ubuzima abapfuye bakazuka.

[1] Imana Allah Irahira ku co Ishatse mu biremwa vyayo, nayo ibiremwa ntibirekuriwe kurahira, kiretse kw'izina ryayo gusa. Ukurahira kw'izina ry'ikitari Imana Allah, ni ibangikanyamana.

agasuma urusaku, aca aterwa ibishirira vya nyakotsi biturutse ku mpande zose;

9. Akirukanwa kugira ntashobore gusuma nya rusaku, yaranategekanirijwe n'ibihano vyamaho mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

دُحُورًا وَلَهُمْ عَذَابٌ وَاصِبٌ ۝٩

10. Kiretse shetani isamiye hejuru ijambo rimwe muri iryo suma ry'urusaku, igaca iribwira iyiri musi yayo; ino na yo ikaribwira iyindi iri musi yayo gushika ku yiri kw'isi. Hari n'aho rero, ikurikizwa igishirira ca nyakotsi kikayiturira imbere yuko iribwira iyiri musi yayo. Hari n'igihe bishika rero mu vyagezwe n'Imana Allah, ikarisamira hejuru ikaribwira iyiri musi yayo imbere yuko ishikirwa na nya gishirira kikayiturira, maze iya nyuma muri yo ikarishikiriza ba senyagara n'abapfumu, na bo bagaca baryuhirako ayandi majambo ijana y'ikinyoma.

إِلَّا مَنْ خَطِفَ ٱلْخَطْفَةَ فَأَتْبَعَهُۥ شِهَابٌ ثَاقِبٌ ۝١٠

11. Ntumwa y'Imana! Baza abahakana bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa, ko iremwa ryabo ari ryo rigoye cane gusumba iremwa ry'ibindi biremwa Twaremye! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twaremye se wabo Adamu mw'ivu ribomvye.

فَٱسْتَفْتِهِمْ أَهُمْ أَشَدُّ خَلْقًا أَم مَّنْ خَلَقْنَآ ۚ إِنَّا خَلَقْنَٰهُم مِّن طِينٍ لَّازِبٍ ۝١١

12. Ntumwa y'Imana! Ahubwo icogutangaza, ni ihakana ryabo ry'izurwa ry'ibiremwa; n'icogutangaza kurusha, ni itebura ryabo kuri wewe n'isuzugurwa ry'amajambo yawe!

بَلْ عَجِبْتَ وَيَسْخَرُونَ ۝١٢

13. N'iyo bibukijwe ku vyo bibagiye canke bakagotwa, ukubibutsa nta co kubamarira ngo bikebuke.

وَإِذَا ذُكِّرُوا۟ لَا يَذْكُرُونَ ۝١٣

14. N'iyo babonye icemezo cerekana ko uri Intumwa vy'ukuri, baragiteburako bakitangaza;

وَإِذَا رَأَوْا۟ ءَايَةً يَسْتَسْخِرُونَ ۝١٤

15. Bagaheza bakavuga bati: "Iyi Qor'ani watuzaniye, si ikindi kiretse ko ari uburozi bweruye;

وَقَالُوٓا۟ إِنْ هَٰذَآ إِلَّا سِحْرٌ مُّبِينٌ ۝١٥

16. Mbega igihe twapfuye tugacika ivu n'amagufa yaboze, burya mu vy'ukuri tuzosubizwa ubuzima duheze tuzuke!

أَءِذَا مِتْنَا وَكُنَّا تُرَابًا وَعِظَٰمًا أَءِنَّا لَمَبْعُوثُونَ ۝١٦

17. Mbega burya hazozuka na ba data bapfuye kera!"

أَوَءَابَآؤُنَا ٱلْأَوَّلُونَ ۝١٧

18. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abahakana bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa uti: "Ego cane! Bitebe bitebuke, muzosubizwa ubuzima maze muzuke kandi musuzuguritse".

قُلْ نَعَمْ وَأَنتُمْ دَٰخِرُونَ ۝١٨

19. Ni ukuri, izurwa ryabo ni akaravyo, hazopfa kuvuzwa inzamba igira kabiri gusa, ubwo nyene bace basokoroka mu kuzimu birabira intureka zo ku musi w'izuka;

فَإِنَّمَا هِىَ زَجْرَةٌ وَٰحِدَةٌ فَإِذَا هُمْ يَنظُرُونَ ۝١٩

20. Baheze bavuge n'agahinda n'akantu bati: "Amagorwa arama yemwe! Uwu, ni wo musi w'iharurirwa n'impera!";

وَقَالُوا۟ يَٰوَيْلَنَا هَٰذَا يَوْمُ ٱلدِّينِ ۝٢٠

21. Bace babwirwa n’abamalayika bati: “Uwu, ni wo musi wo gutunganiriza ibiremwa, umusi mwahora muhakana mwivuye inyuma mukiri kw’isi ko utabaho”.

هَٰذَا يَوۡمُ ٱلۡفَصۡلِ ٱلَّذِي كُنتُم بِهِۦ تُكَذِّبُونَ ٢١

22. Abamalayika bazobwirwa bati: “Nimwegeranirize hamwe abirenganije mu kugarariza bari kumwe n’abagenzi babo, hamwe rero n’ibigirwamana bahora basenga;

ٱحۡشُرُواْ ٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ وَأَزۡوَٰجَهُمۡ وَمَا كَانُواْ يَعۡبُدُونَ ٢٢

23. Bakabisenga mu gishingo c’Imana Allah, muheze mubashorere mu nzira ibashikana mu muriro ururumba;

مِن دُونِ ٱللَّهِ فَٱهۡدُوهُمۡ إِلَىٰ صِرَٰطِ ٱلۡجَحِيمِ ٢٣

24. Maze mubahagarike aho babanza kubazwa imbere yuko batabwa mu muriro wa Jahannamu; mu vy’ukuri, bategerezwa kubazwa ku vyo bakoze no ku vyo bavuze vyose”.

وَقِفُوهُمۡۖ إِنَّهُم مَّسۡـُٔولُونَ ٢٤

25. Bazoheza rero babwirwe ku gashinyaguro n’akantu bati: “Mbega mwafashwe n’iki ko mudatabarana nk’uko mwabigenza kw’isi!”.

مَا لَكُمۡ لَا تَنَاصَرُونَ ٢٥

26. Ahubwo kuri uwu musi, bicishije bugufi mu kwubahiriza itegeko ry’Imana Allah, ntibashobora namba guca kubiri na ryo.

بَلۡ هُمُ ٱلۡيَوۡمَ مُسۡتَسۡلِمُونَ ٢٦

27. Aho rero, bazoheza batangure guhazana, bahangane hagati yabo batanako imiragwe;

وَأَقۡبَلَ بَعۡضُهُمۡ عَلَىٰ بَعۡضٖ يَتَسَآءَلُونَ ٢٧

28. Maze indongozi z’abahuvye zibwirwe n’abazikurikiye mu buhuvyi ziti: “Mu vy’ukuri, ni mwebwe mwahora mutuja mu gutwi mukatwankisha ukuri, mukaturyohereza ubuhuvyi kw’izina ry’idini”.

قَالُوٓاْ إِنَّكُمۡ كُنتُمۡ تَأۡتُونَنَا عَنِ ٱلۡيَمِينِ ٢٨

29. Indongozi z’abahuvye na zo zibwire abazikurikiye mu buhuvyi ziti: “Sigaho, murabaga mwifashe! Ahubwo nyabuna, mwebwe ntimwigeze mwemera namba;

قَالُواْ بَل لَّمۡ تَكُونُواْ مُؤۡمِنِينَ ٢٩

30. Vyongeye nta n’ububasha bw’ivyemezo canke bw’inguvu twari tubafiseko ngo tubabuze ukwemera Imana Allah, eka mbere mwari mwigize akagaramaruganda mu guhonyanga ukuri mukubona;

وَمَا كَانَ لَنَا عَلَيۡكُم مِّن سُلۡطَٰنٖۖ بَلۡ كُنتُمۡ قَوۡمٗا طَٰغِينَ ٣٠

31. Ni ho rero twebwe hamwe na mwe twagirwa n’ijambo ry’Imana yacu Rurema Allah, ryo gusezeranira ibihano abagarariji[1]. Mu vy’ukuri rero, twese hamwe dutegerezwa guhonja ibihano;

فَحَقَّ عَلَيۡنَا قَوۡلُ رَبِّنَآۖ إِنَّا لَذَآئِقُونَ ٣١

32. Twebwe twarabahubishije inzira y’ukwemera, muraheza muradukurikira mu buhuvyi, mu vy’ukuri twari twarahuvye”.

فَأَغۡوَيۡنَٰكُمۡ إِنَّا كُنَّا غَٰوِينَ ٣٢

33. Mu vy’ukuri kuri uwo musi rero, indongozi z’abahuvye hamwe n’abazikurikiye mu buhuvyi, bazofadikanya mu bihano nk’uko bafadikanije kw’isi mu buhuvyi.

فَإِنَّهُمۡ يَوۡمَئِذٖ فِي ٱلۡعَذَابِ مُشۡتَرِكُونَ ٣٣

[1] Raba Aayah ya 13 mu gisomwa Sajda.

34. Ni nk'ukwo nyene rero Twebwe Allah, Tugira mu guhana inkozi z'ikibi zahisemwo ubugaba kw'isi ha kutwumvira.	إِنَّا كَذَٰلِكَ نَفْعَلُ بِٱلْمُجْرِمِينَ ﴿٣٤﴾
35. Mu vy'ukuri, ababangikanyamana bakiri kw'isi, iyo bararikiwe gusenga Imana Imwe Rudende Allah, bati: "Nta mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah", bahora bagira amanyama bakirengagiza;	إِنَّهُمْ كَانُوٓاْ إِذَا قِيلَ لَهُمْ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا ٱللَّهُ يَسْتَكْبِرُونَ ﴿٣٥﴾
36. Bagaca bavuga bati: "Mbega vyoshoboka gute mu vy'ukuri, ko tureka gusenga imana zacu ku kwubahiriza gusa ijambo ry'umwivuzi w'amazina, yakehewe n'ubwenge!".	وَيَقُولُونَ أَئِنَّا لَتَارِكُوٓاْ ءَالِهَتِنَا لِشَاعِرٍ مَّجْنُونٍ ﴿٣٦﴾
37. Nibateshwe bate barahumba! Muhamadi ntari nk'ukwo bamuvuga namba, ahubwo yaje abazaniye ukuri kw'ukwemera gushingiye kuri Qor'ani, ashimangira ivyashikirijwe n'izindi Ntumwa mu mabwirizwa n'isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah.	بَلْ جَآءَ بِٱلْحَقِّ وَصَدَّقَ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿٣٧﴾
38. Babangikanyamana! Mu vy'ukuri, mwebwe ku kubera ihakana ryanyu, mutegerezwa guhonja ibihano bibabaza;	إِنَّكُمْ لَذَآئِقُواْ ٱلْعَذَابِ ٱلْأَلِيمِ ﴿٣٨﴾
39. Kandi mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ntimuzohanwa, kiretse ku vyaha mwari mwarakoze kw'isi.	وَمَا تُجْزَوْنَ إِلَّا مَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٣٩﴾
40. Kiretse abaja b'Imana Allah bayitumbera mu vyo bakora vyose bakabikora ku bwayo, maze Igaheza Ikabakingira ibihano;	إِلَّا عِبَادَ ٱللَّهِ ٱلْمُخْلَصِينَ ﴿٤٠﴾
41. Abo, ni bo rero bazoronka impano zizwi neza kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru;	أُوْلَٰٓئِكَ لَهُمْ رِزْقٌ مَّعْلُومٌ ﴿٤١﴾
42. Izo mpembo, ni ivyamwa vy'ubwoko butandukanye, bakazonaterwa iteka n'icubahiro;	فَوَٰكِهُ وَهُم مُّكْرَمُونَ ﴿٤٢﴾
43. Mu Bwami bw'ijuru bwuzuyemwo inema zamaho;	فِى جَنَّٰتِ ٱلنَّعِيمِ ﴿٤٣﴾
44. Aho bazoba bicaye ku bitanda batumberanye, barabana;	عَلَىٰ سُرُرٍ مُّتَقَٰبِلِينَ ﴿٤٤﴾
45. Ibirahuri vy'inzoga itambiye bicanacanako, inzoga yengwa mu mazi y'iriba ritemba ryamaho;	يُطَافُ عَلَيْهِم بِكَأْسٍ مِّن مَّعِينٍ ﴿٤٥﴾
46. Ifise ibara ryera n'akanovera k'akataraboneka ku banywi bazoyihereza;	بَيْضَآءَ لَذَّةٍ لِّلشَّٰرِبِينَ ﴿٤٦﴾
47. Ntigira ingaruka mbi ngo iboreze canke ngo isinzikaze ubuzima bw'uwuguma ayinywa;	لَا فِيهَا غَوْلٌ وَلَا هُمْ عَنْهَا يُنزَفُونَ ﴿٤٧﴾
48. Muri nya Bwami, bazoba bafise n'abakenyezi biyubashe bisoneye, batigera bakubita ijisho abatari abagabo babo, bafise n'amaso meza nk'ay'inyana;	وَعِندَهُمْ قَٰصِرَٰتُ ٱلطَّرْفِ عِينٌ ﴿٤٨﴾
49. Basa neza, ntiworaba barasayangana; wogira ngo ni irigi ribitswe ahantu ata n'umwe ararikorako.	كَأَنَّهُنَّ بَيْضٌ مَّكْنُونٌ ﴿٤٩﴾
50. Abari mu Bwami bw'ijuru, bazobazanya hagati yabo, batera inkuru z'ubuzima babanyemwo n'abandi kw'isi;	فَأَقْبَلَ بَعْضُهُمْ عَلَىٰ بَعْضٍ يَتَسَآءَلُونَ ﴿٥٠﴾

51. Maze umwe muri bo aheze avuge ati: “Mu vy’ukuri, kw’isi nari mfise umugenzi twamana hafi;

قَالَ قَآئِلٌ مِّنۡهُمۡ إِنِّي كَانَ لِي قَرِينٞ ٥١

52. Yavuga yitangaza ambwira ati: “Mbega mu vy’ukuri, wewe uri mu bemera ko izurwa ry’ibiremwa ribaho!

يَقُولُ أَءِنَّكَ لَمِنَ ٱلۡمُصَدِّقِينَ ٥٢

53. Aho nyene uremera ko nitwapfa tugacika ivu n’amagufa mu kuzimu, tuzoheza tugasubizwa ubuzima tukazuka koko, hanyuma tugaharurirwa, tukanahemberwa ivyo twakoze!””.

أَءِذَا مِتۡنَا وَكُنَّا تُرَابٗا وَعِظَٰمًا أَءِنَّا لَمَدِينُونَ ٥٣

54. Hanyuma wa mwemeramana, ace avuga abwire abo bari kumwe mu Bwami bw’ijuru, ati: “Ubwo ntimwoza tukarunguruka mu muriro tukaraba iherezo ry’uwahoze ari umugenzi twamana hafi!”;

قَالَ هَلۡ أَنتُم مُّطَّلِعُونَ ٥٤

55. Wa mwemeramana agize ngo ararunguruka mu muriro, aca abona wa mugenzi wiwe bamana hafi, ari hagati na hagati mu nyenga y’umuriro ururumba;

فَٱطَّلَعَ فَرَءَاهُ فِي سَوَآءِ ٱلۡجَحِيمِ ٥٥

56. Aca avuga abwira nya mugenzi wiwe ati: “Ndarahiye kw’izina ry’Imana Allah, ko wahatswe kumpubisha ngahona iyo ndakwumvira;

قَالَ تَٱللَّهِ إِن كِدتَّ لَتُرۡدِينِ ٥٦

57. Iyo hataba impano y’Imana yanje Rurema Allah, Yanshoboje kwemera nkatsimbatara, ni ukuri nari kuba ndi mu begeranirijwe hamwe na we mu muriro”.

وَلَوۡلَا نِعۡمَةُ رَبِّي لَكُنتُ مِنَ ٱلۡمُحۡضَرِينَ ٥٧

58. Ba bemeramana aho bari mu Bwami bw’ijuru, baca bavuga akamwemwe kabasya bati: “Ni ivy’ukuri, ko tuzoguma mu nema zamaho ibihe bidahera ata gupfa;

أَفَمَا نَحۡنُ بِمَيِّتِينَ ٥٨

59. Kiretse urupfu rwa mbere twapfuye tukiri kw’isi, nta n’uguhanwa inyuma y’aho twinjiriye mu Bwami bw’ijuru!

إِلَّا مَوۡتَتَنَا ٱلۡأُولَىٰ وَمَا نَحۡنُ بِمُعَذَّبِينَ ٥٩

60. Mu vy’ukuri, iyi ni yo ntsinzi ihambaye”.

إِنَّ هَٰذَا لَهُوَ ٱلۡفَوۡزُ ٱلۡعَظِيمُ ٦٠

61. Mu ntumbero yo gushika ku ntsinzi nk’iyi y’Ubwami bw’ijuru, abakora ivyo bakora kw’isi rero, nibakore batiziganya, ata kudebukirwa.

لِمِثۡلِ هَٰذَا فَلۡيَعۡمَلِ ٱلۡعَٰمِلُونَ ٦١

62. Mbega none burya iyo ntsinzi y’Ubwami bw’ijuru, ni ryo cumbi ryiza cane kuruta ibindi, canke ni igiti Al-Zaqquumu cavumwe, gifungurirwa abantu bo mu muriro!

أَذَٰلِكَ خَيۡرٞ نُّزُلًا أَمۡ شَجَرَةُ ٱلزَّقُّومِ ٦٢

63. Mu vy’ukuri Twebwe Allah, Twagize ico giti kuba igeragezwa ku birenganije mu kugarariza, bahakana bivuye inyuma bati: “Bishoboka gute ko igiti kiba mu muriro kandi umuriro uturira igiti!”.

إِنَّا جَعَلۡنَٰهَا فِتۡنَةٗ لِّلظَّٰلِمِينَ ٦٣

64. Al-Zaqquumu mu vy’ukuri, ni igiti kinagira hagati na hagati mu nyenga y’umuriro wa Jahannamu;

إِنَّهَا شَجَرَةٞ تَخۡرُجُ فِيٓ أَصۡلِ ٱلۡجَحِيمِ ٦٤

65. Ivyamwa vya nya giti bisa nabi cane; wogira ngo ni imitwe y’amashetani, ntubaze rero akanuko kavyo n’ukuntu bibishe (bikata) mu kanwa!

طَلۡعُهَا كَأَنَّهُۥ رُءُوسُ ٱلشَّيَٰطِينِ ٦٥

فَإِنَّهُمْ لَآكِلُونَ مِنْهَا فَمَالِـُٔونَ مِنْهَا ٱلْبُطُونَ ﴿٦٦﴾

66. Mu vy'ukuri ababangikanyamana, bazorya ivyamwa vyaco, bibuzuze inda batumbirwe;

ثُمَّ إِنَّ لَهُمْ عَلَيْهَا لَشَوْبًا مِّنْ حَمِيمٍ ﴿٦٧﴾

67. Hanyuma bashozeko ikinyobwa kigizwe n'uruvange rw'amashira n'urwuya vy'abantu bo mu muriro vyasebuye bikaryimara;

ثُمَّ إِنَّ مَرْجِعَهُمْ لَإِلَى ٱلْجَحِيمِ ﴿٦٨﴾

68. Hanyuma iyegeranirizo ryabo inyuma y'ivyo vyose, ni mu bihano vyo mu muriro.

إِنَّهُمْ أَلْفَوْا۟ ءَابَآءَهُمْ ضَآلِّينَ ﴿٦٩﴾

69. Mu vy'ukuri ababangikanyamana, basanze ba se babo ari impuvyi mw'ibangikanyamana;

فَهُمْ عَلَىٰٓ ءَاثَـٰرِهِمْ يُهْرَعُونَ ﴿٧٠﴾

70. Baraheza bacanacanako mu kubakurikira mu buhuvyi.

وَلَقَدْ ضَلَّ قَبْلَهُمْ أَكْثَرُ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿٧١﴾

71. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri mu bantu bo hambere y'abo warungitsweko, harimwo benshi bahuvye;

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَا فِيهِم مُّنذِرِينَ ﴿٧٢﴾

72. Ni ukuri, Twarabarungikiye Intumwa zibagabisha ku bihano vyacu, maze ntibumva, baragarariza.

فَٱنظُرْ كَيْفَ كَانَ عَـٰقِبَةُ ٱلْمُنذَرِينَ ﴿٧٣﴾

73. Ntumwa y'Imana! Raba rero iherezo ry'abantu bagabishijwe maze ntibumva, ukuntu ryagenze, barahanwe bimwe vy'akarorero;

إِلَّا عِبَادَ ٱللَّهِ ٱلْمُخْلَصِينَ ﴿٧٤﴾

74. Kiretse abaja b'Imana Allah bayitumbera mu vyo bakora vyose, maze bakabikora ku bwayo, Igaheza Ikabakingira ibihano.

وَلَقَدْ نَادَىٰنَا نُوحٌ فَلَنِعْمَ ٱلْمُجِيبُونَ ﴿٧٥﴾

75. Ni ukuri, Nuhu amaze kwihebura ko abantu yarungitsweko batarota bamwemera, yaraduhamagaye Twebwe Allah kugira Tumutabare, maze asanga ni Twebwe Umwiza w'abatabazi yitabira uwumutabaje;

وَنَجَّيْنَـٰهُ وَأَهْلَهُۥ مِنَ ٱلْكَرْبِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٧٦﴾

76. Turaheza rero Turamurokora we n'umuryango wiwe hamwe n'abemeramana bari kumwe, Tubakura mu kaga ko gusomeshwa nturi y'akataraboneka;

وَجَعَلْنَا ذُرِّيَّتَهُۥ هُمُ ٱلْبَاقِينَ ﴿٧٧﴾

77. Maze Tugira uruvyaro rwa Nuhu kuba ari rwo rusigara rukarondoka inyuma yuko abantu yarungitsweko bahitanwa n'isegenya;

وَتَرَكْنَا عَلَيْهِ فِى ٱلْـَٔاخِرِينَ ﴿٧٨﴾

78. Tumuha no kuyagwa neza mu bantu bakurikiye gushika ku musi w'iherezo.

سَلَـٰمٌ عَلَىٰ نُوحٍ فِى ٱلْعَـٰلَمِينَ ﴿٧٩﴾

79. Harakayagwa neza rero Nuhu mw'iteka n'itekane mu biremwa vyose.

إِنَّا كَذَٰلِكَ نَجْزِى ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٨٠﴾

80. Ni nk'uko nyene rero mu vy'ukuri Twebwe Allah - Twahemvye Nuhu mu kuyagwa neza n'ibiremwa - Duhemba abagwaneza mu kwumvira Imana Allah.

إِنَّهُۥ مِنْ عِبَادِنَا ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿٨١﴾

81. Mu vy'ukuri, Nuhu ari mu baja bacu b'abemeramana bubahiriza koko amabwirizwa yacu.

ثُمَّ أَغْرَقْنَا ٱلْـَٔاخَرِينَ ﴿٨٢﴾

82. Mu nyuma rero, ni ho Twebwe Allah, Twahonya abantu ba Nuhu bahakanye bivuye inyuma, maze bahitanwa n'isegenya.

83. Mu vy'ukuri, mu bagendeye ukwemera-ndemanwa kwa Nuhu gushingiye ku kwemera no gusenga Imana Imwe Rudende Allah, ni Umuvugishwamana Ibrahimu;	۞وَإِنَّ مِن شِيعَتِهِۦ لَإِبۡرَٰهِيمَ ﴿٨٣﴾
84. Igihe yatumbera Imana yiwe Rurema Allah n'umutima wejejwe mu kutemera ibintazi n'ingeso mbi;	إِذۡ جَآءَ رَبَّهُۥ بِقَلۡبٖ سَلِيمٍ ﴿٨٤﴾
85. Igihe abwira se wiwe n'abantu yarungitsweko ati: "Ni ibiki musenga mu gishingo c'Imana Allah!	إِذۡ قَالَ لِأَبِيهِ وَقَوۡمِهِۦ مَاذَا تَعۡبُدُونَ ﴿٨٥﴾
86. Karashize ingani, mukanagare mwihe gusenga imana z'irementanya ha gusenga Imana Imwe Rudende Allah!	أَئِفۡكًا ءَالِهَةٗ دُونَ ٱللَّهِ تُرِيدُونَ ﴿٨٦﴾
87. Mbega none mwibaza iki ku co Imana Rurema w'ibiremwa vyose Yobahanisha mu gihe mwoyibangikanya!".	فَمَا ظَنُّكُم بِرَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ﴿٨٧﴾
88. Ni ho rero Ibrahimu yitegereza inyenyeri yiyumvira ico yobigobotoza mu kutajana na bo ku musi mukuru wabo;	فَنَظَرَ نَظۡرَةٗ فِي ٱلنُّجُومِ ﴿٨٨﴾
89. Aca ababwira ati: "Mu vy'ukuri jewe ndarwaye".	فَقَالَ إِنِّي سَقِيمٞ ﴿٨٩﴾
90. Baraheza rero baramureka arasigara, na bo barabandanya ku musi mukuru wabo.	فَتَوَلَّوۡاْ عَنۡهُ مُدۡبِرِينَ ﴿٩٠﴾
91. Ni ho rero yagenda anyaragasa ahari ibigirwamana vyabo, aca abibwira atebura abinebagura ati: "Aho ga ntu, ntimwofungura kuri izi mfungurwa muterekerwa n'ababasenga!	فَرَاغَ إِلَىٰٓ ءَالِهَتِهِمۡ فَقَالَ أَلَا تَأۡكُلُونَ ﴿٩١﴾
92. Mbega mwafashwe n'iki ko mutavuga, ngo mwishure n'uwubabajije!".	مَا لَكُمۡ لَا تَنطِقُونَ ﴿٩٢﴾
93. Ni ho rero yarengera kuri nya bigirwamana, arabikubita n'ukuryo arabimenagura.	فَرَاغَ عَلَيۡهِمۡ ضَرۡبَۢا بِٱلۡيَمِينِ ﴿٩٣﴾
94. Ba bantu ni ho baja kumurondera baza batazambaye n'ishavu n'akantu;	فَأَقۡبَلُوٓاْ إِلَيۡهِ يَزِفُّونَ ﴿٩٤﴾
95. Ibrahimu araheza ahura na bo ababwira ata co yinona ati: "Bishoboka gute ko musenga ivyo mwibaziye mwebwe nyene;	قَالَ أَتَعۡبُدُونَ مَا تَنۡحِتُونَ ﴿٩٥﴾
96. Mugaheza mukareka kwiyegereza Imana Allah mu vyo mukora ntimunayisenge, kandi ari Yo Yabaremye, Ikarema n'ivyo mukora!".	وَٱللَّهُ خَلَقَكُمۡ وَمَا تَعۡمَلُونَ ﴿٩٦﴾
97. Ba bantu bamaze kwumva ko ata kuri bafise ngo biregure, baciye babicisha mu ngimba babwirana hagati yabo bati: "Nimumwubakireko, maze mugire inkonge y'umuriro, muheze mumuteyo".	قَالُواْ ٱبۡنُواْ لَهُۥ بُنۡيَٰنٗا فَأَلۡقُوهُ فِي ٱلۡجَحِيمِ ﴿٩٧﴾
98. Bagomvye rero kumugirira nabi ngo bamwice, Turaheza Twebwe Allah, Turabatsinda mu gutegeka nya muriro ko utohirahira ngo umukoreko.	فَأَرَادُواْ بِهِۦ كَيۡدٗا فَجَعَلۡنَٰهُمُ ٱلۡأَسۡفَلِينَ ﴿٩٨﴾
99. Ibrahimu yababwiye ati: "Jewe mu vy'ukuri, ndimukiye aho nshobora kwiyegereza Imana yanje Rurema mu vyo nkora vyose ndanayisenga mu mwidegemvyo, Izoheza	وَقَالَ إِنِّي ذَاهِبٌ إِلَىٰ رَبِّي سَيَهۡدِينِ ﴿٩٩﴾

Inshikane ku vyiza mw'idini no mu buzima bwanje bwo kw'isi";

رَبِّ هَبْ لِي مِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿١٠٠﴾

100. Araheza yitura Imana Allah ayisaba avuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye Umpe umwana mu beranda";

فَبَشَّرْنَٰهُ بِغُلَٰمٍ حَلِيمٍ ﴿١٠١﴾

101. Twaramwumviye igisabisho ciwe, Turaheza Tumuha agakuru keza ko azoronswa umwana w'umuhungu azorangwa n'ubwitonzi nta ngere[1].

فَلَمَّا بَلَغَ مَعَهُ ٱلسَّعْىَ قَالَ يَٰبُنَىَّ إِنِّىٓ أَرَىٰ فِى ٱلْمَنَامِ أَنِّىٓ أَذْبَحُكَ فَٱنظُرْ مَاذَا تَرَىٰ ۚ قَالَ يَٰٓأَبَتِ ٱفْعَلْ مَا تُؤْمَرُ ۖ سَتَجِدُنِىٓ إِن شَآءَ ٱللَّهُ مِنَ ٱلصَّٰبِرِينَ ﴿١٠٢﴾

102. Ismayili rero amaze gukura akagera mu bigero vyo kujana na Ibrahimu mu dukorwa twa misi yose, Ibrahimu yamubwiye ati: "Mwananje! Ni ukuri, jewe narose mbona vy'ukuri ndiko ndagukerera, none ubivuzeko iki?". Ismayili yishuye se ata gushidikanya ati: "Da! Shira mu ngiro ivyo wategetswe n'Imana Allah, maze unkerere[2], nanje uza gusanga ku bushake bw'Imana Allah ndi mu bihangana mu kwumvira Imana Allah".

فَلَمَّآ أَسْلَمَا وَتَلَّهُۥ لِلْجَبِينِ ﴿١٠٣﴾

103. Bompi rero bamaze kwitegurira kwubahiriza iryo tegeko, maze Ibrahimu akarambika Ismayili hasi yubitse inda kugira amukerere;

وَنَٰدَيْنَٰهُ أَن يَٰٓإِبْرَٰهِيمُ ﴿١٠٤﴾

104. Ni ho Twahamagara Ibrahimu muri ivyo bihe bigoye Duti: "Ewe Ibrahimu!

قَدْ صَدَّقْتَ ٱلرُّءْيَآ ۚ إِنَّا كَذَٰلِكَ نَجْزِى ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿١٠٥﴾

105. Ni ukuri, wamaze gushira mu ngiro ico wategetswe mu ndoto. Ni nk'uko nyene rero mu vy'ukuri Twebwe Allah - Twahemvye Ibrahimu kw'ishirwa mu ngiro ry'indoto yiwe - Duhemba abagwaneza mu kubakura mu vyago mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa;

إِنَّ هَٰذَا لَهُوَ ٱلْبَلَٰٓؤُا۟ ٱلْمُبِينُ ﴿١٠٦﴾

106. Mu vy'ukuri ikererwa ry'umwana wawe Ismayili, ni ryo geragezwa rihambaye ryerekana ukuri kw'ukwemera kwawe".

وَفَدَيْنَٰهُ بِذِبْحٍ عَظِيمٍ ﴿١٠٧﴾

107. Ni ukwo rero Twarokoye Ismayili, haraheza hakererwa imbagwa y'intama mu kibanza ciwe.

وَتَرَكْنَا عَلَيْهِ فِى ٱلْءَاخِرِينَ ﴿١٠٨﴾

108. Gutyo Duha Ibrahimu kuyagwa neza mu bantu bakurikiye gushika ku musi w'iherezo.

سَلَٰمٌ عَلَىٰٓ إِبْرَٰهِيمَ ﴿١٠٩﴾

109. Ibrahimu arakagira amahoro, iteka n'itekane bivuye ku Mana Allah.

كَذَٰلِكَ نَجْزِى ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿١١٠﴾

110. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twahemvye Ibrahimu ku kwubahiriza ibwirizwa ryacu - Duhemba abagwaneza.

إِنَّهُۥ مِنْ عِبَادِنَا ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١١١﴾

111. Mu vy'ukuri, Ibrahimu ari mu baja bacu b'abemeramana koko.

وَبَشَّرْنَٰهُ بِإِسْحَٰقَ نَبِيًّا مِّنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ﴿١١٢﴾

112. Ibrahimu mu kumuhembera ukwihangana kw'ishirwa mu ngiro ry'ibwirizwa ryacu, Twaranamuhaye agakuru

[1] Uyo mwana akaba ari Ismayili mwene Ibrahimu.
[2] Kuko indoto z'Intumwa z'Imana, ni ibwirizwa.

keza ko kuzoronswa umwana yitwa Is-haka, akazoba n'Umuvugishwamana mu Bavugishwamana beranda;

113. Maze Turamuhezagira we hamwe n'umwana wiwe Is-haka. Mu ruvyaro rwabo bompi rero, hahavuye habonekamwo umwumviramana w'umugwaneza koko, hamwe rero n'uwirenganya bimwe biboneka mu kugarariza.

وَبَٰرَكْنَا عَلَيْهِ وَعَلَىٰٓ إِسْحَٰقَ ۚ وَمِن ذُرِّيَّتِهِمَا مُحْسِنٌ وَظَالِمٌ لِّنَفْسِهِۦ مُبِينٌ ﴿١١٣﴾

114. Ni ukuri Musa na murumunawe Haruna, Twarabateye iteka ryo kuba Intumwa;

وَلَقَدْ مَنَنَّا عَلَىٰ مُوسَىٰ وَهَٰرُونَ ﴿١١٤﴾

115. Turaheza Turabarokora bompi hamwe n'abantu babo mu vyago bihambaye vyo gusoma nturi;

وَنَجَّيْنَٰهُمَا وَقَوْمَهُمَا مِنَ ٱلْكَرْبِ ٱلْعَظِيمِ ﴿١١٥﴾

116. Maze Turabatabara, baranesha Firawuni hamwe n'abunganizi biwe;

وَنَصَرْنَٰهُمْ فَكَانُوا۟ هُمُ ٱلْغَٰلِبِينَ ﴿١١٦﴾

117. Twaranabahaye Igitabu ca Tawurati gitomoye;

وَءَاتَيْنَٰهُمَا ٱلْكِتَٰبَ ٱلْمُسْتَبِينَ ﴿١١٧﴾

118. Tubarongora no mu nzira igororotse y'ubwislamu;

وَهَدَيْنَٰهُمَا ٱلصِّرَٰطَ ٱلْمُسْتَقِيمَ ﴿١١٨﴾

119. Gutyo, Tubaha kuyagwa neza mu bantu bakurikiye gushika ku musi w'iherezo.

وَتَرَكْنَا عَلَيْهِمَا فِى ٱلْءَاخِرِينَ ﴿١١٩﴾

120. Musa na murumunawe Haruna barakagira amahoro, iteka n'itekane bivuye ku Mana Allah.

سَلَٰمٌ عَلَىٰ مُوسَىٰ وَهَٰرُونَ ﴿١٢٠﴾

121. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twahemvye Musa na Haruna - Duhemba abagwaneza b'imvugakuri.

إِنَّا كَذَٰلِكَ نَجْزِى ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿١٢١﴾

122. Mu vy'ukuri Musa na murumunawe Haruna, bari mu baja bacu b'abemeramana koko.

إِنَّهُمَا مِنْ عِبَادِنَا ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٢٢﴾

123. Mu vy'ukuri Ilyaasi, ni ukuri ari mu bo Twateye iteka ryo kuba Intumwa;

وَإِنَّ إِلْيَاسَ لَمِنَ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿١٢٣﴾

124. Igihe yabwira abantu biwe yarungitsweko muri Bene Israyeli ati: "Nimutinye ibihano vy'Imana Allah, ntimuhirahire ngo muyibangikanye;

إِذْ قَالَ لِقَوْمِهِۦٓ أَلَا تَتَّقُونَ ﴿١٢٤﴾

125. Bishoboka gute ko musenga ikigirwamana ata na kimwe gishoboye, mukirengagiza gusenga Umwiza w'abaremyi;

أَتَدْعُونَ بَعْلًا وَتَذَرُونَ أَحْسَنَ ٱلْخَٰلِقِينَ ﴿١٢٥﴾

126. Imana yanyu Rurema Allah Yabaremye, Ikaba ari na Yo Mana Yaremye ba so aho hambere yanyu!".

ٱللَّهَ رَبَّكُمْ وَرَبَّ ءَابَآئِكُمُ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿١٢٦﴾

127. Abantu Ilyaasi yarungitsweko rero, baramuhakanye bivuye inyuma. Mu vy'ukuri ku musi w'izuka, bazokwegeranirizwa ku Mana Allah kugira Ibahanire ivyo bakoze;

فَكَذَّبُوهُ فَإِنَّهُمْ لَمُحْضَرُونَ ﴿١٢٧﴾

128. Kiretse abaja b'Imana Allah bejeje idini ryayo, abo ntibazohanwa.

إِلَّا عِبَادَ ٱللَّهِ ٱلْمُخْلَصِينَ ﴿١٢٨﴾

129. Ilyaasi Twamuhaye kuyagwa neza mu bantu bakurikiye gushika ku musi w'iherezo.

وَتَرَكْنَا عَلَيْهِ فِى ٱلْءَاخِرِينَ ﴿١٢٩﴾

130. Ilyaasi arakagira amahoro, iteka n'itekane bivuye ku Mana Allah.	سَلَٰمٌ عَلَىٰٓ إِلْ يَاسِينَ ﴿١٣٠﴾
131. Mu vy'ukuri, ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twahemvye Ilyaasi kw'igamburukiramana ryiwe - Duhemba abagwaneza mu bemeramana.	إِنَّا كَذَٰلِكَ نَجْزِى ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿١٣١﴾
132. Mu vy'ukuri Ilyaasi, ari mu baja bacu bubahiriza koko amabwirizwa yacu.	إِنَّهُۥ مِنْ عِبَادِنَا ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٣٢﴾
133. Mu vy'ukuri Luutwi, ni ukuri ari mu bo Twateye iteka ryo kuba Intumwa;	وَإِنَّ لُوطًا لَّمِنَ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿١٣٣﴾
134. Igihe Twamurokora we hamwe n'umuryango wiwe mu bihano;	إِذْ نَجَّيْنَٰهُ وَأَهْلَهُۥٓ أَجْمَعِينَ ﴿١٣٤﴾
135. Kiretse umukecuru ari aho, yahonejwe mu bandi ku bubegito bwiwe.	إِلَّا عَجُوزًا فِى ٱلْغَٰبِرِينَ ﴿١٣٥﴾
136. Mu nyuma rero, ni ho Twahonya vy'akarorero abahakanyi mu bantu ba Luutwi.	ثُمَّ دَمَّرْنَا ٱلْءَاخَرِينَ ﴿١٣٦﴾
137. Bantu b'i Makka! Mu vy'ukuri mu ruja n'uruza rwanyu, ni ukuri mwama muzinduka muca ahahoze imihana y'abantu ba Luutwi;	وَإِنَّكُمْ لَتَمُرُّونَ عَلَيْهِم مُّصْبِحِينَ ﴿١٣٧﴾
138. Mukanagorobeza muhaca. Ubwo ntimwogarura akenge mugatinya ko mwoshikirwa n'ivyabashikiye.	وَبِٱلَّيْلِ ۗ أَفَلَا تَعْقِلُونَ ﴿١٣٨﴾
139. Mu vy'ukuri Yunusu, ni ukuri ari mu bo Twateye iteka ryo kuba Intumwa;	وَإِنَّ يُونُسَ لَمِنَ ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿١٣٩﴾
140. Igihe atwarwa n'agashavu agata abantu biwe yarungitsweko, agahungira mu bwato bwuzuye abantu n'ibintu;	إِذْ أَبَقَ إِلَى ٱلْفُلْكِ ٱلْمَشْحُونِ ﴿١٤٠﴾
141. Maze nya bwato bukubitwa n'imikuba iturutse irya n'ino, biba ngombwa ko baburemururira kugira ntibwibire. Ni ho rero bagira tombora ku kuraba uwotabwa mw'ibahari, maze amajwi yose agwa kuri Yunusu;	فَسَاهَمَ فَكَانَ مِنَ ٱلْمُدْحَضِينَ ﴿١٤١﴾
142. Araheza atabwa mw'ibahari, ifi amahanga iba yamubonye nk'ejo ica iramusama, iramutamira ku mwikomo yari afitiwe n'Imana Allah.	فَٱلْتَقَمَهُ ٱلْحُوتُ وَهُوَ مُلِيمٌ ﴿١٤٢﴾
143. Iyo Yunusu rero ataba ari mu bantu barangwa no gukora ivyiza imbere yuko atamirwa na nya fi, hanyuma akaguma aninahaza yongera atazira Imana Allah ari mu nda yayo[1];	فَلَوْلَآ أَنَّهُۥ كَانَ مِنَ ٱلْمُسَبِّحِينَ ﴿١٤٣﴾
144. Ni ukuri yari gupfira mu nda yayo, maze akagumayo gushika ku musi w'izurwa ry'ibiremwa.	لَلَبِثَ فِى بَطْنِهِۦٓ إِلَىٰ يَوْمِ يُبْعَثُونَ ﴿١٤٤﴾
145. Ni ho rero Twamukura muri nya fi Tukamuterera kw'isi y'ubugaragwa, yarushe yacitse intere;	۞ فَنَبَذْنَٰهُ بِٱلْعَرَآءِ وَهُوَ سَقِيمٌ ﴿١٤٥﴾
146. Turaheza Tumunagishiriza igiti c'uruyuzi kimuha agatutu, akanagifungurako gushika atore mitende.	وَأَنۢبَتْنَا عَلَيْهِ شَجَرَةً مِّن يَقْطِينٍ ﴿١٤٦﴾

[1] Avuga ati: "LAA ILAAHA ILLAA ANTA SUB-HAANAKA INNII KUN-TU MINA DDHWAALIMIINA".

147. Mu nyuma, Twahavuye Tumurungika ku bantu ibihumbi ijana, mbere n'abarenga; وَأَرۡسَلۡنَٰهُ إِلَىٰ مِاْئَةِ أَلۡفٍ أَوۡ يَزِيدُونَ ١٤٧

148. Maze baramwemera baranashira mu ngiro ivyo abigisha, Duca Tubaha kuryoherwa n'ubuzima bwo kw'isi gushika kw'isango ryo gupfa kwabo. فَـَٔامَنُواْ فَمَتَّعۡنَٰهُمۡ إِلَىٰ حِينٖ ١٤٨

149. Ntumwa y'Imana! Baza abantu warungitsweko ukuntu bubahuka bakomekera abakobwa ku Mana yawe Rurema Allah ku rwanko gusa babafitiye, maze bakigenera abahungu ku rukundo babafitiye! فَٱسۡتَفۡتِهِمۡ أَلِرَبِّكَ ٱلۡبَنَاتُ وَلَهُمُ ٱلۡبَنُونَ ١٤٩

150. Babaze kandi bakwereke ko ariho bari bari, igihe Twebwe Allah Turema abamalayika ari abakobwa nk'uko babivuga! أَمۡ خَلَقۡنَا ٱلۡمَلَٰٓئِكَةَ إِنَٰثٗا وَهُمۡ شَٰهِدُونَ ١٥٠

151. Emwe bantu! Nimwumve mwumvireho! Ni ukuri mu binyoma vy'ababangikanyamana, bavuga ko; أَلَآ إِنَّهُم مِّنۡ إِفۡكِهِمۡ لَيَقُولُونَ ١٥١

152. Imana Allah Yavyaye. Mu vy'ukuri, barabesha bagaheba bakanyomoza ku kuvuga ivyo batazi. وَلَدَ ٱللَّهُ وَإِنَّهُمۡ لَكَٰذِبُونَ ١٥٢

153. Imana Allah Yokwihitiramwo gute abakobwa Ikirengagiza abahungu! أَصۡطَفَى ٱلۡبَنَاتِ عَلَى ٱلۡبَنِينَ ١٥٣

154. Bantu! Iyo, ni ingingo mbi cane mwishingira, ko Imana Allah Yigeneye abakobwa mu biremwa, na mwe Ikabagenera abahungu! مَا لَكُمۡ كَيۡفَ تَحۡكُمُونَ ١٥٤

155. Ubwo ntimwokwibuka mukamenya ko bitabereye namba ko Imana Allah Yitirirwa umwana! Ntibikabe. أَفَلَا تَذَكَّرُونَ ١٥٥

156. Canke mwoba mufise ku vyo muvuga, icemezo gitomoye gishingiye ku bumenyi! أَمۡ لَكُمۡ سُلۡطَٰنٞ مُّبِينٞ ١٥٦

157. Nimwaba rero mufise nya cemezo kiri mu Gitabu c'Imana Allah, enda nyabuna rero, nimukizane nimwaba muri imvugakuri koko! فَأۡتُواْ بِكِتَٰبِكُمۡ إِن كُنتُمۡ صَٰدِقِينَ ١٥٧

158. Ababangikanyamana bibwira ko Imana Allah hari ico Ipfana n'abamalayika gishingiye ku maraso. Ni ukuri abamalayika, barazi neza ko ababangikanyamana bazokwegeranirizwa mu bihano ku musi w'izuka. وَجَعَلُواْ بَيۡنَهُۥ وَبَيۡنَ ٱلۡجِنَّةِ نَسَبٗاۚ وَلَقَدۡ عَلِمَتِ ٱلۡجِنَّةُ إِنَّهُمۡ لَمُحۡضَرُونَ ١٥٨

159. Nihaninahazwe rero Imana Allah mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayomekera. سُبۡحَٰنَ ٱللَّهِ عَمَّا يَصِفُونَ ١٥٩

160. Ariko rero, abaja b'Imana Allah bemera koko bakeza n'idini ryayo, ntibavuga ku Mana Allah, kiretse ibiberanye n'icubahiro cayo. إِلَّا عِبَادَ ٱللَّهِ ٱلۡمُخۡلَصِينَ ١٦٠

161. Babangikanyamana! Mu vy'ukuri mwebwe hamwe n'ibigirwamana musenga mu gishingo c'Imana Allah; فَإِنَّكُمۡ وَمَا تَعۡبُدُونَ ١٦١

162. Ntimushoboye guhubisha n'umwe mu biremwa; مَآ أَنتُمۡ عَلَيۡهِ بِفَٰتِنِينَ ١٦٢

163. Kiretse uwagenewe kuja mu muriro ku bugarariji bwiwe. إِلَّا مَنۡ هُوَ صَالِ ٱلۡجَحِيمِ ١٦٣

164. Abamalayika bazovuga bati: “Nta n’umwe muri twebwe, kiretse ko afise ahantu hazwi mw’ijuru adashobora kurenga;	وَمَا مِنَّآ إِلَّا لَهُۥ مَقَامٌ مَّعْلُومٌ ﴿١٦٤﴾
165. Mu vy’ukuri twebwe, turatonda mu runani, ku murongo mu gusenga Imana Allah no mu kuyumvira;	وَإِنَّا لَنَحْنُ ٱلصَّآفُّونَ ﴿١٦٥﴾
166. Mu vy’ukuri twebwe, tuninahaza twongera dutazira Imana Allah, mu buryo buri kure cane y’ibitaberanye n'icubahiro cayo”.	وَإِنَّا لَنَحْنُ ٱلْمُسَبِّحُونَ ﴿١٦٦﴾
167. Ntumwa y’Imana! Mu vy’ukuri ababangikanyamana, ni ukuri bahora binamura bakavuga imbere y’irungikwa ryawe bati:	وَإِن كَانُواْ لَيَقُولُونَ ﴿١٦٧﴾
168. “Ese iyo dushikirwa n’Ibitabu n’Intumwa nk’ivyashikiriye abo hambere yacu;	لَوْ أَنَّ عِندَنَا ذِكْرًا مِّنَ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿١٦٨﴾
169. Ni ukuri twari kuba abaja b’Imana Allah, bemera koko bakeza n’idini ryayo”.	لَكُنَّا عِبَادَ ٱللَّهِ ٱلْمُخْلَصِينَ ﴿١٦٩﴾
170. Igihe bashikirwa rero n’Igibabu ca Qor’ani n’Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), barabigararije bivuye inyuma. Bitebe bitebuke rero, bazomenya ibihano bibarindiriye mu buzima bw’inyuma yo gupfa.	فَكَفَرُواْ بِهِۦ ۖ فَسَوْفَ يَعْلَمُونَ ﴿١٧٠﴾
171. Ni ukuri ijambo ryacu Twebwe Allah, ryaramaze gushingwa ku baja bacu mu Ntumwa;	وَلَقَدْ سَبَقَتْ كَلِمَتُنَا لِعِبَادِنَا ٱلْمُرْسَلِينَ ﴿١٧١﴾
172. Ko mu vy’ukuri ari bo bategerezwa gutsinda no kunesha abansi babo;	إِنَّهُمْ لَهُمُ ٱلْمَنصُورُونَ ﴿١٧٢﴾
173. N’uko ingabo zacu ziduharanira, zitegerezwa kunesha abansi bazo, kuko ari zo zeniherezo ryiza.	وَإِنَّ جُندَنَا لَهُمُ ٱلْغَٰلِبُونَ ﴿١٧٣﴾
174. Ntumwa y’Imana! Irengagize abatemera ubarabishe amaso, gushika igihe bagenewe kubaho gihere maze bapfe, hanyuma bahanwe;	فَتَوَلَّ عَنْهُمْ حَتَّىٰ حِينٍ ﴿١٧٤﴾
175. Tenyenya rero, uzoheza wirabire ibizobashikira ku kugarariza kwabo, bitebe bitebuke, na bo nyene bazoheza bibonereko ibizobashikira mu bihano!	وَأَبْصِرْهُمْ فَسَوْفَ يُبْصِرُونَ ﴿١٧٥﴾
176. Ntumwa y’Imana! Karashize ingani bihutire gusaba ko ibihano vyacu bibashikira!	أَفَبِعَذَابِنَا يَسْتَعْجِلُونَ ﴿١٧٦﴾
177. Burya, igihe bashikiwe n’ibihano vyacu, hazoba ari igitondo kibi cane ku bagabishijwe hanyuma ntibumva!	فَإِذَا نَزَلَ بِسَاحَتِهِمْ فَسَآءَ صَبَاحُ ٱلْمُنذَرِينَ ﴿١٧٧﴾
178. Ntumwa y’Imana! Birengagize ubarabishe amaso rero, gushika igihe bashikiwe n’ibihano vy’Imana Allah;	وَتَوَلَّ عَنْهُمْ حَتَّىٰ حِينٍ ﴿١٧٨﴾
179. Tenyenya rero uzoheza wirabire ibizobashikira ku kugarariza kwabo; bitebe bitebuke, na bo nyene bazokwibonerako ibizobashikira mu bihano!	وَأَبْصِرْ فَسَوْفَ يُبْصِرُونَ ﴿١٧٩﴾

سُبۡحَٰنَ رَبِّكَ رَبِّ ٱلۡعِزَّةِ عَمَّا يَصِفُونَ ١٨٠

180. Nihaninahazwe rero Imana yawe Rurema Allah, Nyenicubahiro c'iteka mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayomekera.

وَسَلَٰمٌ عَلَى ٱلۡمُرۡسَلِينَ ١٨١

181. Intumwa zose rero zirakagira amahoro, iteka n'itekane bivuye ku Mana Allah.

وَٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٨٢

182. Nihashimagizwe Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa.

38. Swaad (Swaad)
Aayah 88, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

صٓۚ وَٱلۡقُرۡءَانِ ذِي ٱلذِّكۡرِ ١

1. Swaad[1]. Jewe Allah, Ndarahiye kuri Qor'ani yibutsa abantu kwikebuka ku vyo bagosweko!

بَلِ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ فِي عِزَّةٖ وَشِقَاقٖ ٢

2. Ariko rero, abagararije bagira amanyama mu guhonyanga ukuri bagaca kubiri na kwo.

كَمۡ أَهۡلَكۡنَا مِن قَبۡلِهِم مِّن قَرۡنٖ فَنَادَواْ وَّلَاتَ حِينَ مَنَاصٖ ٣

3. Hari imigwi myinshi y'abantu Twahoneje hambere yabo, yatakamvye mu kwigaya igihe ishikirwa n'ibihano, ico gihe umwanya wo kwigaya wari wamaze kurengerana, nta n'ubukiriro yari igifise bwo guhunga nya bihano.

وَعَجِبُوٓاْ أَن جَآءَهُم مُّنذِرٞ مِّنۡهُمۡۖ وَقَالَ ٱلۡكَٰفِرُونَ هَٰذَا سَٰحِرٞ كَذَّابٌ ٤

4. Abagarariji, baritangaje ku kurungikirwa Umugabisha avuye mu bantu nkabo, kugira abagabishe ku bihano vy'Imana Allah, yongere abararikire kuyemera, baraheza barinamura bati: "Uyu, ni umurozi karuhariwe mu kubesha;

أَجَعَلَ ٱلۡأٓلِهَةَ إِلَٰهٗا وَٰحِدًاۖ إِنَّ هَٰذَا لَشَيۡءٌ عُجَابٞ ٥

5. Karashize ingani, afate imana zacu azigire Imana Imwe Rudende, abe ari Yo aturarikira kwemera! Mu vy'ukuri, iryo rarikiramana ryiwe, ni ukuri ni ikintu gitangaje pe!".

وَٱنطَلَقَ ٱلۡمَلَأُ مِنۡهُمۡ أَنِ ٱمۡشُواْ وَٱصۡبِرُواْ عَلَىٰٓ ءَالِهَتِكُمۡۖ إِنَّ هَٰذَا لَشَيۡءٞ يُرَادُ ٦

6. Indongozi z'abagararije zarahimirije abantu bazo gukomeza gutsimbatara mw'ibangikanyamana ziti: "Nimushishikare mutsimbatare mudahesha mu gusenga imana zanyu. Mu vy'ukuri inyigisho z'iyi Ntumwa, ni ukuri zifise ihangiro ryo kwiganza no kwigarurira ubutegetsi.

مَا سَمِعۡنَا بِهَٰذَا فِي ٱلۡمِلَّةِ ٱلۡأٓخِرَةِ إِنۡ هَٰذَآ إِلَّا ٱخۡتِلَٰقٌ ٧

7. Kuva na kera na rindi, nta ho twigeze twumva inyigisho nk'izo mw'idini rya ba data mu Bakorayishi canke mu banaswara. Izo nyigisho rero, si ikindi kiretse ko ari irementanya ryigendera!

أَءُنزِلَ عَلَيۡهِ ٱلذِّكۡرُ مِنۢ بَيۡنِنَاۖ بَلۡ هُمۡ فِي شَكّٖ مِّن ذِكۡرِيۖ بَل لَّمَّا يَذُوقُواْ عَذَابِ ٨

8. Vyoshoboka gute ko Muhamadi ari we gusa muri twese yohishurirwa Qor'ani!". Ntumwa y'Imana! Ahubwo rero abagarariji, bafise amakenga kw'ihishurirwa n'irungikwa vyawe. Ahubwo mbere binamura kuvuga ukwo, kuko batarahonja ibihano vyanje Jewe Allah.

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.

9. Mbega none boba bagaba ibigega vy'impano z'Imana yawe Rurema Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Bigaburo Iha uwo Ishatse mu ngabirano zayo Itarinze gusabwa!

أَمْ عِندَهُمْ خَزَآئِنُ رَحْمَةِ رَبِّكَ ٱلْعَزِيزِ ٱلْوَهَّابِ ﴿٩﴾

10. Canke boba bagaba bakaganza amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo, ku buryo bagaburira canke bakima uwo bashatse mu biremwa! Enda rero nibakore ibibashobokeye kugira bashike mw'ijuru, baheze rero bagaburire ibiremwa mu guha canke mu kwima uwo bashaka!

أَمْ لَهُم مُّلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَمَا بَيْنَهُمَا ۖ فَلْيَرْتَقُوا۟ فِى ٱلْأَسْبَٰبِ ﴿١٠﴾

11. Ingabo z'ababangikanyamana, zizoneshwa nk'uko ingabo ziyunze z'abo hambere yabo zaneshejwe;

جُندٌ مَّا هُنَالِكَ مَهْزُومٌ مِّنَ ٱلْأَحْزَابِ ﴿١١﴾

12. Aho hambere yabo, harigeze kuba hari abahakanye bivuye inyuma: abantu ba Nuhu, Bene Aadi, Firawuni yari afise ingabo n'inguvu bidasanzwe;

كَذَّبَتْ قَبْلَهُمْ قَوْمُ نُوحٍ وَعَادٌ وَفِرْعَوْنُ ذُو ٱلْأَوْتَادِ ﴿١٢﴾

13. Bene Thamuudi, abantu ba Luutwi hamwe rero n'abantu bo mu gisagara c'ibiti bitotahaye barungikiwe Shu'ayibu. Iyo migwi rero, ni yo migwi y'abantu biyunze mu bugarariji no mu buhakanyi;

وَثَمُودُ وَقَوْمُ لُوطٍ وَأَصْحَٰبُ لْـَٔيْكَةِ ۖ أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلْأَحْزَابُ ﴿١٣﴾

14. Umugwi wose muri yo, warahakanye wivuye inyuma Intumwa, uca uhabwa ibihano vyanje Jewe Allah.

إِن كُلٌّ إِلَّا كَذَّبَ ٱلرُّسُلَ فَحَقَّ عِقَابِ ﴿١٤﴾

15. Ababangikanyamana, nta n'ikindi barindiriye mu gihe boguma mw'ibangikanyamana, kiretse ivuzwa rimwe gusa ry'akaruru gahonya kadasubizwa inyuma.

وَمَا يَنظُرُ هَٰٓؤُلَآءِ إِلَّا صَيْحَةً وَٰحِدَةً مَّا لَهَا مِن فَوَاقٍ ﴿١٥﴾

16. Baranavuze batebura kw'iharurirwa ry'ibiremwa ku musi w'izuka bati: "Ewe Mana yacu Rurema Allah! Turagusavye Uduhe ibihano vyacu Watugeneye tukiri kw'isi, imbere yuko umusi w'iharurirwa ugera!".

وَقَالُوا۟ رَبَّنَا عَجِّل لَّنَا قِطَّنَا قَبْلَ يَوْمِ ٱلْحِسَابِ ﴿١٦﴾

17. Ntumwa y'Imana! Ihanganire ivyo bavuga bikubangamiye, uheze wibuke n'Umuja wacu Dawudi yaranzwe n'inguvu zo guhangana n'abansi ata guhesha, hamwe rero no kwihanganira igamburukiramana. Mu vy'ukuri, yarigaya cane akitura kenshi Imana Allah[1].

ٱصْبِرْ عَلَىٰ مَا يَقُولُونَ وَٱذْكُرْ عَبْدَنَا دَاوُۥدَ ذَا ٱلْأَيْدِ ۖ إِنَّهُۥٓ أَوَّابٌ ﴿١٧﴾

18. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twatumye imisozi yitabira itazira n'ininahazamana ryagirwa na Dawudi umugoroba n'igitondo;

إِنَّا سَخَّرْنَا ٱلْجِبَالَ مَعَهُۥ يُسَبِّحْنَ بِٱلْعَشِىِّ وَٱلْإِشْرَاقِ ﴿١٨﴾

19. Dutuma n'umugwi w'inyoni witabira nya tazira n'ininahazamana, ivyo vyose rero vyaramwumvira;

وَٱلطَّيْرَ مَحْشُورَةً ۖ كُلٌّ لَّهُۥٓ أَوَّابٌ ﴿١٩﴾

20. Twaranamutsimbatarije ubwami bwiwe kw'ijunja n'inguvu Twamuhaye, Tumuha n'ubutumwa hamwe no gutomora ijambo n'ingingo.

وَشَدَدْنَا مُلْكَهُۥ وَءَاتَيْنَٰهُ ٱلْحِكْمَةَ وَفَصْلَ ٱلْخِطَابِ ﴿٢٠﴾

21. Ntumwa y'Imana! Mbega warashikiriwe n'inkuru y'abantu babiri batase, igihe basimba urugo rw'aho Dawudi yasengera;

۞ وَهَلْ أَتَىٰكَ نَبَؤُا۟ ٱلْخَصْمِ إِذْ تَسَوَّرُوا۟ ٱلْمِحْرَابَ ﴿٢١﴾

[1] Iyi Aayah iratera intege Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

22. Baraheza bamwinjirirako aca agira ubwoba! Ni ho bamutururuza bati: “Tekana, ntugire ubwoba namba, twebwe twatase, aho umwe muri twebwe yarenganije uwundi; twaje kukwitura rero kugira udutunganirize vy’ukuri ata nkunzi, wongere uduhanure gukurikira inzira igorororotse”.

إِذْ دَخَلُواْ عَلَىٰ دَاوُۥدَ فَفَزِعَ مِنْهُمْۖ قَالُواْ لَا تَخَفْۖ خَصْمَانِ بَغَىٰ بَعْضُنَا عَلَىٰ بَعْضٍ فَٱحْكُم بَيْنَنَا بِٱلْحَقِّ وَلَا تُشْطِطْ وَٱهْدِنَآ إِلَىٰ سَوَآءِ ٱلصِّرَٰطِ ﴿٢٢﴾

23. Ni ho rero umwe muri bo yatangura kwigana avuga ati: “Mu vy’ukuri, uyu ni mwenewacu, afise intama mirongo icenda n’icenda, nanje nkaba mfise intama imwe rudende, akaba yagize inambu yo kuyinyaga, aca ambwira ati: “Mpa iyo ntama”, maze aranzivya sinagira ayo ncira n’ayo mira”;

إِنَّ هَٰذَآ أَخِى لَهُۥ تِسْعٌ وَتِسْعُونَ نَعْجَةً وَلِىَ نَعْجَةٌ وَٰحِدَةٌ فَقَالَ أَكْفِلْنِيهَا وَعَزَّنِى فِى ٱلْخِطَابِ ﴿٢٣﴾

24. Dawudi aca avuga ati: “Ni ukuri, mwenewanyu yakurenganije mu kukunyaga intama yawe akayihagira, kandi abenshi mu basangiye amatungo, ni ukuri birashika bamwe muri bo bakarenganya abandi, havuyemwo gusa abemeramana bakora ivyiza bitegetswe, ntibarenganyana. Abo rero, ni bake cane mu bantu”. Dawudi yaratahuye ko Twebwe Allah, Twamugerageje mu kuba abo bantu baje kumwitwarako, ni ho yasaba imbabazi Imana yiwe Rurema Allah, aca arayubamira ashira uruhanga hasi, maze arigaya[1];

قَالَ لَقَدْ ظَلَمَكَ بِسُؤَالِ نَعْجَتِكَ إِلَىٰ نِعَاجِهِۦۖ وَإِنَّ كَثِيرًا مِّنَ ٱلْخُلَطَآءِ لَيَبْغِى بَعْضُهُمْ عَلَىٰ بَعْضٍ إِلَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَقَلِيلٌ مَّا هُمْۗ وَظَنَّ دَاوُۥدُ أَنَّمَا فَتَنَّٰهُ فَٱسْتَغْفَرَ رَبَّهُۥ وَخَرَّ رَاكِعًا وَأَنَابَ۩ ﴿٢٤﴾

25. Twaciye Tumugumiriza akabanga Turanamubabarira ivyaha vyiwe. Mu vy’ukuri Dawudi, ni ukuri ari mu batonye kuri Twebwe Allah, ari no mu bagenewe uburuhukiro bwiza mu buzima bw’inyuma yo gupfa.

فَغَفَرْنَا لَهُۥ ذَٰلِكَۖ وَإِنَّ لَهُۥ عِندَنَا لَزُلْفَىٰ وَحُسْنَ مَـَٔابٍ ﴿٢٥﴾

26. Ni ho rero Twamubwira Duti: “Ewe Dawudi! Mu vy’ukuri, Tukugize icariho cacu mu kukugira umwami kw’isi. Kubera ivyo rero, tunganiriza abantu vy’ukuri ata nkunzi, kandi ntugakurikire ivyipfuzo vyawe mu gufata ingingo, kuko vyoguhubisha inzira y’amabwirizwa y’idini ry’Imana Allah. Mu vy’ukuri abahuba inzira y’amabwirizwa y’idini ry’Imana Allah, barategekanirijwe ibihano bikaze, kuko birengagije umusi w’iharurirwa ry’ibiremwa[2]”.

يَٰدَاوُۥدُ إِنَّا جَعَلْنَٰكَ خَلِيفَةً فِى ٱلْأَرْضِ فَٱحْكُم بَيْنَ ٱلنَّاسِ بِٱلْحَقِّ وَلَا تَتَّبِعِ ٱلْهَوَىٰ فَيُضِلَّكَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِۚ إِنَّ ٱلَّذِينَ يَضِلُّونَ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ لَهُمْ عَذَابٌ شَدِيدٌۢ بِمَا نَسُواْ يَوْمَ ٱلْحِسَابِ ﴿٢٦﴾

27. Ntitwaremye ijuru n’isi n’ibiri hagati yavyo ku gufyinata, ukwo ni ko abagararije bibwira ko Twabiremye. Ibihano nya bihano vyo mu muriro rero, vyagenewe abagararije badategera intumbero y’Imana Allah mu kurema ijuru n’isi.

وَمَا خَلَقْنَا ٱلسَّمَآءَ وَٱلْأَرْضَ وَمَا بَيْنَهُمَا بَٰطِلًاۚ ذَٰلِكَ ظَنُّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْۚ فَوَيْلٌ لِّلَّذِينَ كَفَرُواْ مِنَ ٱلنَّارِ ﴿٢٧﴾

28. Mbega burya Twogira abemeye bagakora n’ivyiza bitegetswe nk’abagenzwa n’ubwononyi kw’isi, canke Twogira abagamburukiramana nk’abanyavyaha! Eka nta ho basa basana mu butoni n’ubutore ku Mana Allah.

أَمْ نَجْعَلُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ كَٱلْمُفْسِدِينَ فِى ٱلْأَرْضِ أَمْ نَجْعَلُ ٱلْمُتَّقِينَ كَٱلْفُجَّارِ ﴿٢٨﴾

[1] Iyo umuntu asomye iyi Aayah gushika ku mpera, aca yubama agashira uruhanga hasi.
[2] Iyi Aayah ihanura indongozi ko zibwirizwa gutunganiriza abantu vy’ukuri ata nkunzi, kuko kutabatunganiriza kuzihubisha inzira y’amabwirizwa y’idini ry’Imana Allah.

كِتَٰبٌ أَنزَلۡنَٰهُ إِلَيۡكَ مُبَٰرَكٞ لِّيَدَّبَّرُوٓاْ ءَايَٰتِهِۦ وَلِيَتَذَكَّرَ أُوْلُواْ ٱلۡأَلۡبَٰبِ ٢٩

29. Ntumwa y'Imana! Ivyo wahishuriwe, ni Igitabu gihezagiye Twakumanuriye, kugira abantu bazigame Aayah zaco baheze bazigendere, no kugira incabwenge koko zibuke zishire mu ngiro amabwirizwa y'Imana Allah.

وَوَهَبۡنَا لِدَاوُۥدَ سُلَيۡمَٰنَۚ نِعۡمَ ٱلۡعَبۡدُ إِنَّهُۥٓ أَوَّابٌ ٣٠

30. Dawudi rero, Twaranamuronkeje umwana yitwa Sulayimani, yari Umuja mwiza yatewe iteka akarigendera koko; mu vy'ukuri, yarigaya cane akitura kenshi Imana Allah;

إِذۡ عُرِضَ عَلَيۡهِ بِٱلۡعَشِيِّ ٱلصَّٰفِنَٰتُ ٱلۡجِيَادُ ٣١

31. Ibuka aho Sulayimani yagenzura ifarasi z'akarorero zigishijwe, agahera ku muhingamo gushika ku kirengazuba;

فَقَالَ إِنِّيٓ أَحۡبَبۡتُ حُبَّ ٱلۡخَيۡرِ عَن ذِكۡرِ رَبِّي حَتَّىٰ تَوَارَتۡ بِٱلۡحِجَابِ ٣٢

32. Maze akavuga yiregura ati: "Mu vy'ukuri, jewe nahisemwo gukunda ifarasi, maze ndasamara sinibuka gutazira no kuninahaza Imana yanje Rurema Allah, gushika n'aho izuba rirenga;

رُدُّوهَا عَلَيَّۖ فَطَفِقَ مَسۡحَۢا بِٱلسُّوقِ وَٱلۡأَعۡنَاقِ ٣٣

33. Ngarukanira za farasi zose nagenzura". Ni ho rero nya farasi zagarukanwa, maze azitanga ikimazi[1] aca arazica imitsi arazikerera, kuko zatumye isengesho rimucika.

وَلَقَدۡ فَتَنَّا سُلَيۡمَٰنَ وَأَلۡقَيۡنَا عَلَىٰ كُرۡسِيِّهِۦ جَسَدٗا ثُمَّ أَنَابَ ٣٤

34. Ni ukuri, Twarageregeje Sulayimani, maze Dukororera ku ntebe yiwe umwana afise urubavu rumwe yavutse atageze[2], ni ho yagaruka ku Mana Allah arigaya;

قَالَ رَبِّ ٱغۡفِرۡ لِي وَهَبۡ لِي مُلۡكٗا لَّا يَنۢبَغِي لِأَحَدٖ مِّنۢ بَعۡدِيٓۖ إِنَّكَ أَنتَ ٱلۡوَهَّابُ ٣٥

35. Araheza avuga mu kwigaya kwiwe ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ngumiriza akabanga Umbabarire ivyaha, Umpe n'ubwami buhambaye Utazokwigera Uha n'umwe mu bantu bo mu nyuma zanje. Mu vy'ukuri, Wewe Uri Bigaburo".

فَسَخَّرۡنَا لَهُ ٱلرِّيحَ تَجۡرِي بِأَمۡرِهِۦ رُخَآءً حَيۡثُ أَصَابَ ٣٦

36. Ni ho rero Twamwakirira igisabisho ciwe, Tumworohereza kwikora ku muyaga, ukamwumvira mu gihe cose awutegetse kumujana aho hose ashaka;

وَٱلشَّيَٰطِينَ كُلَّ بَنَّآءٖ وَغَوَّاصٖ ٣٧

37. Tumworohereza no gukoresha amashetani mu bikorwa vyiwe vya misi yose; muri yo, harimwo ayubaka n'ayibira mw'ibahari;

وَءَاخَرِينَ مُقَرَّنِينَ فِي ٱلۡأَصۡفَادِ ٣٨

38. Hakaba rero n'ayandi mashetani ruhebwa yabohesha amapingu.

هَٰذَا عَطَآؤُنَا فَٱمۡنُنۡ أَوۡ أَمۡسِكۡ بِغَيۡرِ حِسَابٖ ٣٩

39. Ubu bwami buhambaye n'iyoroherezwa ryo kwikora ku muyaga no ku mashetani, ni impano yacu kuri wewe Sulayimani, uratanga utitangira, uhe uwo ushatse, wime uwo ushatse, nta wuzoguciramwo.

---

[1] Ukwiyegereza Imana Allah mu gukerera ifarasi, ryari ibwirizwa mu mabwirizwa yubahirizwa igihe c'Intumwa Sulayimani.

[2] Sulayimani yarigeze kurahira ko arangurana amabanga y'abubatse n'abakenyezi biwe bose mw'ijoro rimwe, maze bose bagasamira rimwe, bakazomuvyarira abana barinda ku rugamba, bakazoharanira idini ry'Imana Allah, ariko rero ntiyibutse kuvuga ati: "In shaa Allah" ku bushake bw'Imana Allah. Ni ho rero yabigenza nk'uko yarahiye, maze hasama imbanyi umukenyezi umwe gusa muri bo, yahavuye yibaruka umwana afise urubavu rumwe.

40. Mu vy'ukuri Sulayimani, ni ukuri ari mu batonye kuri Twebwe Allah, ari no mu bagenewe uburuhukiro bwiza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَإِنَّ لَهُۥ عِندَنَا لَزُلْفَىٰ وَحُسْنَ مَـَٔابٍ ﴿٤٠﴾

41. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'Umuja wacu Ayubu igihe yasaba gukira umuniho, atakambira Imana yiwe Rurema Allah, avuga ati: "Mu vy'ukuri shetani, yanteye umuruho n'ububabare budasanzwe buturutse ku ndwara no ku kwangara kw'umuryango wanje, hamwe rero no guhona kw'amatungo yanje";

وَٱذْكُرْ عَبْدَنَآ أَيُّوبَ إِذْ نَادَىٰ رَبَّهُۥٓ أَنِّى مَسَّنِىَ ٱلشَّيْطَٰنُ بِنُصْبٍ وَعَذَابٍ ﴿٤١﴾

42. Turaheza Tubwira Ayubu Duti: "Dida ikirenge cawe hasi, haca hadudubiza amazi akanye, uheze uyanyweko wongere uyiyuhagire, indwara ice ikira".

ٱرْكُضْ بِرِجْلِكَ ۖ هَٰذَا مُغْتَسَلٌۢ بَارِدٌ وَشَرَابٌ ﴿٤٢﴾

43. Ni ho rero Twamukiza nya ndwara, Tukamutera n'iteka ryo gusubizwa abangaye mu bana no mu bagore, Tumurengerezako n'abandi nk'abo mu bana no mu buzukuru. Ivyo vyose rero, Twabigize ku mpuhwe zacu mu kumuhembera ukwihanganira igeragezwa ryamushikiye, no kugira rero bibere urwibutso incabwenge koko, ziheze zimenye ko ukwihangana gushikana umuntu ku ntsinzi.

وَوَهَبْنَا لَهُۥٓ أَهْلَهُۥ وَمِثْلَهُم مَّعَهُمْ رَحْمَةً مِّنَّا وَذِكْرَىٰ لِأُو۟لِى ٱلْأَلْبَٰبِ ﴿٤٣﴾

44. Maze Tumubwira kandi Duti: "Fata umukama w'ubwatsi uwukubitishe umukenyezi wawe, mu gushira mu ngiro indahiro yawe kugira ntuyirengeko[1]". Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twasanze Ayubu ari umuntu yihanganira koko igeragezwa, yari n'Umuja mwiza, yatewe iteka akarigendera koko. Mu vy'ukuri, yarigaya cane akagaruka kenshi ku Mana Allah.

وَخُذْ بِيَدِكَ ضِغْثًا فَٱضْرِب بِّهِۦ وَلَا تَحْنَثْ ۗ إِنَّا وَجَدْنَٰهُ صَابِرًا ۚ نِّعْمَ ٱلْعَبْدُ ۖ إِنَّهُۥٓ أَوَّابٌ ﴿٤٤﴾

45. Ntumwa y'Imana! Ibuka kandi Abaja bacu: Ibrahimu, Is-haka na Yakubu, baranzwe n'ishaka n'umwete bidasanzwe kw'iyumviramana hamwe n'ubumenyi budasanzwe mw'idini;

وَٱذْكُرْ عِبَٰدَنَآ إِبْرَٰهِيمَ وَإِسْحَٰقَ وَيَعْقُوبَ أُو۟لِى ٱلْأَيْدِى وَٱلْأَبْصَٰرِ ﴿٤٥﴾

46. Mu vy'ukuri Twabahisemwo mu bandi, mu kubatera iteka ryo kwama bibuka gukorera ubuzima bw'inyuma yo gupfa[2];

إِنَّآ أَخْلَصْنَٰهُم بِخَالِصَةٍ ذِكْرَى ٱلدَّارِ ﴿٤٦﴾

47. Mu vy'ukuri abo, ni ukuri bari mu bo Twahisemwo Tukabagira Intumwa n'intore mu kutwumvira.

وَإِنَّهُمْ عِندَنَا لَمِنَ ٱلْمُصْطَفَيْنَ ٱلْأَخْيَارِ ﴿٤٧﴾

48. Ntumwa y'Imana! Ongera wibuke Abaja bacu: Ismayili, Al-Yasa'a na Dhu l-Kifli, umwe wese muri bo, ni ukuri yari mu ntore zatewe iteka mu biremwa vy'Imana Allah.

وَٱذْكُرْ إِسْمَٰعِيلَ وَٱلْيَسَعَ وَذَا ٱلْكِفْلِ ۖ وَكُلٌّ مِّنَ ٱلْأَخْيَارِ ﴿٤٨﴾

49. Ntumwa y'Imana! Iyi Qor'ani, ni iteka n'urwibutso kuri wewe no ku bantu bawe warungitsweko. Mu vy'ukuri abagamburukiramana, ni ukuri baragenewe uburuhukiro bwiza;

هَٰذَا ذِكْرٌ ۚ وَإِنَّ لِلْمُتَّقِينَ لَحُسْنَ مَـَٔابٍ ﴿٤٩﴾

[1] Iyo ndahiro yari yuko niyaramuka akize, azokubita umukenyezi wiwe inkoni ijana, kuko uwo musi yari yatevye kugaruka kumuraba aho yari arwariye.

[2] Barumvira Imana Allah, bakararikira n'abantu kwemera no gusenga Imana Imwe Rudende Allah.

50. Ubwo buruhukiro bukaba ari imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni" bazokwugururirwa imiryango yabwo;	جَنَّٰتِ عَدۡنٖ مُّفَتَّحَةٗ لَّهُمُ ٱلۡأَبۡوَٰبُ ٥٠
51. Aho bazoba bicaye ku nyegamo zisharije, basaba guherezwa ivyo bipfuza mu vyamwa vy'ubwoko bwinshi hamwe n'ibinyobwa bitandukanye;	مُتَّكِـِٔينَ فِيهَا يَدۡعُونَ فِيهَا بِفَٰكِهَةٖ كَثِيرَةٖ وَشَرَابٖ ٥١
52. Muri nya Bwami, bazoba bafise n'abakenyezi bagumiza akajisho ku bagabo babo, bari mu runganwe rumwe n'urugero rumwe.	۞وَعِندَهُمۡ قَٰصِرَٰتُ ٱلطَّرۡفِ أَتۡرَابٌ ٥٢
53. Bagamburukiramana! Izo nema rero, ziri mu vyo musezeraniwe kuzoronka ku musi w'iharurirwa ry'ibiremwa;	هَٰذَا مَا تُوعَدُونَ لِيَوۡمِ ٱلۡحِسَابِ ٥٣
54. Mu vy'ukuri, izo ni zo mpano zacu kuri mwebwe, ntizigera zishira canke ngo zikehe;	إِنَّ هَٰذَا لَرِزۡقُنَا مَا لَهُۥ مِن نَّفَادٍ ٥٤
55. Izo rero, ni zo mpano zagenewe abagamburukiramana. Nayo abimonogoje mu bugarariji, ni ukuri bagenewe uburuhukiro bubi cane;	هَٰذَاۚ وَإِنَّ لِلطَّٰغِينَ لَشَرَّ مَـَٔابٖ ٥٥
56. Ubwo buruhukiro bukaba ari umuriro wa Jahannamu, bazokwinjira maze bakawota. Ubwo rero, ni bwo busaswa bubi cane bubaho;	جَهَنَّمَ يَصۡلَوۡنَهَا فَبِئۡسَ ٱلۡمِهَادُ ٥٦
57. Ibi, ni vyo bihano bazohonja; ukunywa amazi asebuye akaryimara, urwuya hamwe n'amashira bitemba biva mu mibiri y'abantu bo mu muriro udahera;	هَٰذَا فَلۡيَذُوقُوهُ حَمِيمٞ وَغَسَّاقٞ ٥٧
58. Bazohabwa n'ibindi bihano rero nk'ivyo vy'ubwoko bwose.	وَءَاخَرُ مِن شَكۡلِهِۦٓ أَزۡوَٰجٌ ٥٨
59. Igihe abimonogoje mu bugarariji binjiye mu muriro, bazotanako umwikomo, maze babwirane hagati yabo bati: "Ng'uwo umugwi w'abantu isinzi, utegerezwa kwinjirana na mwe mu muriro udahera". Abari muri uwo muriro bazobishura bati: "Ntibagahabwe ikaze, ntibakagire uburaro n'uburamuko mu muriro, ni ukuri nibinjire mu muriro baheze bawote nkatwe";	هَٰذَا فَوۡجٞ مُّقۡتَحِمٞ مَّعَكُمۡ لَا مَرۡحَبَۢا بِهِمۡۚ إِنَّهُمۡ صَالُواْ ٱلنَّارِ ٥٩
60. Abumviye abimonogoje mu bugarariji bakabakurikira, bazosubizayo bati: "Ahubwo mwebwe nyabuna ntimugahabwe ikaze, kuko ari mwebwe mwaduhubishije kw'isi mugatuma twinjira muri wo". Umuriro udahera rero, ni bwo buraro n'uburamuko bubi cane bubaho;	قَالُواْ بَلۡ أَنتُمۡ لَا مَرۡحَبَۢا بِكُمۡۖ أَنتُمۡ قَدَّمۡتُمُوهُ لَنَاۖ فَبِئۡسَ ٱلۡقَرَارُ ٦٠
61. Abumviye abimonogoje mu bugarariji, bazobandanya basabira abababuhubishije, ko bohanwa vy'akarorero bati: "Mana yacu Rurema Allah! Abaduhubishije inzira yawe kw'isi, turagusavye ubongerereze ibihano ku bindi mu muriro udahera".	قَالُواْ رَبَّنَا مَن قَدَّمَ لَنَا هَٰذَا فَزِدۡهُ عَذَابٗا ضِعۡفٗا فِي ٱلنَّارِ ٦١

62. Abimonogoje mu bugarariji na bo, bazovuga bitangaza bati: “Mbega vyagenze gute ko mu muriro tutabonayo abantu twahora duharura kw’isi ko bari mu banyavyaha!	وَقَالُواْ مَا لَنَا لَا نَرَىٰ رِجَالًا كُنَّا نَعُدُّهُم مِّنَ ٱلْأَشْرَارِ ﴿٦٢﴾
63. Mbega twoba twarabihenzeko mu kubateburako tubasuzugura, canke twoba tudashoboye gusa kubabona kandi bari kumwe na twe mu muriro!”.	أَتَّخَذْنَٰهُمْ سِخْرِيًّا أَمْ زَاغَتْ عَنْهُمُ ٱلْأَبْصَٰرُ ﴿٦٣﴾
64. Iryo tanako ry’umwikomo hagati y’abantu bo mu muriro, nta nkeka ko ari iry’ukuri kandi rizoshika.	إِنَّ ذَٰلِكَ لَحَقٌّ تَخَاصُمُ أَهْلِ ٱلنَّارِ ﴿٦٤﴾
65. Ntumwa y’Imana! Bwira abantu bawe warungitsweko uti: “Ni ukuri jewe, ndi Umugabisha kuri mwebwe ku bihano vy’Imana Allah, nta mana ibwirijwe gusengwa vy’ukuri atari Imana Allah Nyarudende[1], Nyeninkomezi-ntangere;	قُلْ إِنَّمَآ أَنَا۠ مُنذِرٌ ۖ وَمَا مِنْ إِلَٰهٍ إِلَّا ٱللَّهُ ٱلْوَٰحِدُ ٱلْقَهَّارُ ﴿٦٥﴾
66. Ni Yo Mana Rurema Ikaba n’Umubungabunzi w’amajuru n’isi n’ibiri hagati yavyo, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazinyinshi”.	رَبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَمَا بَيْنَهُمَا ٱلْعَزِيزُ ٱلْغَفَّارُ ﴿٦٦﴾
67. Ntumwa y’Imana! Bwira abantu bawe warungitsweko uti: “Iyi Qor’ani, ni inkuru ihambaye, ngirakamaro cane;	قُلْ هُوَ نَبَؤٌا۟ عَظِيمٌ ﴿٦٧﴾
68. Mwebwe mwirengagiza kuyitegera no kuyigendera;	أَنتُمْ عَنْهُ مُعْرِضُونَ ﴿٦٨﴾
69. Nta bumenyi nogira ku vyerekeye uruhara rw’abamalayika kw’iremwa rya Adamu, kiretse ivyo nahishuriwe n’Imana Allah;	مَا كَانَ لِىَ مِنْ عِلْمٍۭ بِٱلْمَلَإِ ٱلْأَعْلَىٰٓ إِذْ يَخْتَصِمُونَ ﴿٦٩﴾
70. Nta co Impishurira ngo menye ivyo ntari nzi, atari uko ndi Umugabisha ku bihano vyayo, ntomora amabwirizwa yayo”.	إِن يُوحَىٰٓ إِلَىَّ إِلَّآ أَنَّمَآ أَنَا۠ نَذِيرٌ مُّبِينٌ ﴿٧٠﴾
71. Ntumwa y’Imana! Ibutsa abo warungitsweko, igihe Imana yawe Rurema Allah Yabwira abamalayika Iti: “Mu vy’ukuri, Jewe Ngira Ndeme umuntu mw’ivu;	إِذْ قَالَ رَبُّكَ لِلْمَلَٰٓئِكَةِ إِنِّى خَٰلِقٌۢ بَشَرًا مِّن طِينٍ ﴿٧١﴾
72. Ninamara gutunganya indemo y’umubiri wiwe, nkamuhuhiramwo n’inkomoko y’ubuzima “Roho” akaba muzima, muraheza rero mumuhe icubahiro kimukwiye mu kumwubamira[2]”.	فَإِذَا سَوَّيْتُهُۥ وَنَفَخْتُ فِيهِ مِن رُّوحِى فَقَعُوا۟ لَهُۥ سَٰجِدِينَ ﴿٧٢﴾
73. Abamalayika baraheza baragamburuka bose barubama;	فَسَجَدَ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ كُلُّهُمْ أَجْمَعُونَ ﴿٧٣﴾
74. Kiretse Ibilisi, yanse n’amanyama n’akantu kumwubamira, gutyo aca aba mu bagarariji;	إِلَّآ إِبْلِيسَ ٱسْتَكْبَرَ وَكَانَ مِنَ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٧٤﴾

[1] Ni Yo Mana Rudende mu biyiranga vyose, Irikwije, ntibangikanywa. Nta giteye nkayo. Ivyo bigatuma ari Yo gusa Ikwiye kwiyegerezwa mu gusengwa ari Imwe Rudende, Itabangikanywa.

[2] Ukwubama kuvugwa ng’aha, kwari mu ntumbero yo guha Adamu icubahiro yahawe n’Imana Allah Yamuremye, ntikwari mu ntumbero yo kumusenga kuko ubwislamu bubuza bwivuye inyuma ukwubama mu ntumbero yo guha icubahiro umuntu.

75. Imana Allah Iraheza Ibaza Ibilisi icatumye atubama Iti: “Ewe Ibilisi! Ni igiki cakubujije kwubamira ikiremwa Niremeye n’amaboko yanje[1]! Wabigize ku manyama n’agasuzuguro, canke uri mu bihambaza ku Mana yawe Rurema!”.

قَالَ يَٰٓإِبۡلِيسُ مَا مَنَعَكَ أَن تَسۡجُدَ لِمَا خَلَقۡتُ بِيَدَيَّۖ أَسۡتَكۡبَرۡتَ أَمۡ كُنتَ مِنَ ٱلۡعَالِينَ ٧٥

76. Ibilisi yishuye n’amanyama n’akantu ati: “Sinubamiye ico kiremwa kuko jewe ndi intore kugisumba, Wandemye mu rubeya rw’umuriro, na co Ukirema mw’ivu!”.

قَالَ أَنَا۠ خَيۡرٞ مِّنۡهُ خَلَقۡتَنِي مِن نَّارٖ وَخَلَقۡتَهُۥ مِن طِينٖ ٧٦

77. Imana Allah, Iraheza Ibwira Ibilisi Iti: “Kubera ivyo rero, va mu Bwami bw’ijuru, kuko wewe mu vy’ukuri uravumwe;

قَالَ فَٱخۡرُجۡ مِنۡهَا فَإِنَّكَ رَجِيمٞ ٧٧

78. Ni ukuri uzobaho mw’ivumwe ryanje, gushika ku musi w’iharurirwa n’impera”.

وَإِنَّ عَلَيۡكَ لَعۡنَتِيٓ إِلَىٰ يَوۡمِ ٱلدِّينِ ٧٨

79. Ibilisi abonye ko kabaye, yavuze ati: “Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye Umpe kuramba gushika ku musi w’izuka ry’ibiremwa”.

قَالَ رَبِّ فَأَنظِرۡنِيٓ إِلَىٰ يَوۡمِ يُبۡعَثُونَ ٧٩

80. Imana Allah Iraheza Imwishura Iti: “Mu vy’ukuri, wewe uri mu bazoramba;

قَالَ فَإِنَّكَ مِنَ ٱلۡمُنظَرِينَ ٨٠

81. Gushika ku musi w’isango nyezina, rizwi ryo guhonya ibiremwa vyose”.

إِلَىٰ يَوۡمِ ٱلۡوَقۡتِ ٱلۡمَعۡلُومِ ٨١

82. Ni ho Ibilisi yavuga n’agahigihigi n’akantu ati: “Ndarahiye ku cubahiro c’iteka ryawe, ni ukuri ntegerezwa guhubisha Bene Adamu;

قَالَ فَبِعِزَّتِكَ لَأُغۡوِيَنَّهُمۡ أَجۡمَعِينَ ٨٢

83. Kiretse gusa abo Wejeje mu baja bawe, Ukababa ubudahangarwa, ku buryo ata nzira n’imwe yo kubahubisha noronka ncamwo”.

إِلَّا عِبَادَكَ مِنۡهُمُ ٱلۡمُخۡلَصِينَ ٨٣

84. Imana Allah Yavuze Iti: “Uku ni ukuri kuvuye kuri Jewe Allah, kanatsinda sinigera Mvuga atari ukuri;

قَالَ فَٱلۡحَقُّ وَٱلۡحَقَّ أَقُولُ ٨٤

85. Ni ukuri Nzokwuzuza mu muriro wa Jahannamu, uruvyaro rugukomokako hamwe n’abazogukurikira bose muri Bene Adamu”.

لَأَمۡلَأَنَّ جَهَنَّمَ مِنكَ وَمِمَّن تَبِعَكَ مِنۡهُمۡ أَجۡمَعِينَ ٨٥

86. Ntumwa y’Imana! Bwira ababangikanyamana uti: “Nta mpembo ndabasavye kw’ishikirizabutumwa ryanje, eka si ndi no mu barementanya bihatira gushikiriza ivyo batahishuriwe”.

قُلۡ مَآ أَسۡـَٔلُكُمۡ عَلَيۡهِ مِنۡ أَجۡرٖ وَمَآ أَنَا۠ مِنَ ٱلۡمُتَكَلِّفِينَ ٨٦

87. Iyi Qor’ani rero, si ikindi kiretse ko ari urwibutso ku biremwa; abantu n’amajini kugira vyikebuke mu gukora ivyobigirira akamaro mu buzima bwo kw’isi no mu bw’inyuma yo gupfa.

إِنۡ هُوَ إِلَّا ذِكۡرٞ لِّلۡعَٰلَمِينَ ٨٧

88. Babangikanyamana! Ni ukuri muzomenya ukuri kw’inkuru ya Qor’ani igihe ubwislamu bwatsinze, maze abantu bakabwinjiramwo ari imigwimigwi; n’igihe rero mwahaniwe kuyigarariza, ata wuronka ayo acira n’ayo amira.

وَلَتَعۡلَمُنَّ نَبَأَهُۥ بَعۡدَ حِينِۭ ٨٨

[1] Iyi Aayah Iremeza ko Imana Allah Ifise amaboko mu buryo buberanye n’icubahiro cayo.

39. Az-Zumar (Imigwimigwi)
Aayah 75, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ihishurwa ry'iki Gitabu ca Qor'ani ryavuye ku Mana Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

تَنزِيلُ ٱلْكِتَٰبِ مِنَ ٱللَّهِ ٱلْعَزِيزِ ٱلْحَكِيمِ ﴿١﴾

2. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twakumanuriye Qor'ani vy'ukuri. Kubera ivyo rero, niwiyegereze Imana Allah mu vyo ukora vyose, unayisenge ari Imwe Rudende, weze n'ivyo ugira vyose ku bwayo.

إِنَّآ أَنزَلْنَآ إِلَيْكَ ٱلْكِتَٰبَ بِٱلْحَقِّ فَٱعْبُدِ ٱللَّهَ مُخْلِصًا لَّهُ ٱلدِّينَ ﴿٢﴾

3. Bantu, nimwumve mwumvireho! Iyumviramana rizira ibangikanya, rikwiye Imana Allah. Nayo abayibangikanya bakigirira mu gishingo cayo abahagarikizi, barinamura bati: "Ntitubangikanya Imana Allah mu gusenga izo mana atari ukugira ngo zidushikane kuri Yo, maze tube hafi yayo", gutyo bakaba baragararije. Mu vy'ukuri ku musi w'izuka, Imana Allah Izoca urugororotse hagati y'abemeramana n'ababangikanyamana ku vyo bahora bahazanako mw'idini bakiri kw'isi, hanyuma Ihembere umwumwe wese muri bo ivyo yakoze. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntishoboza gutumbera inzira yayo uwuyirementaniriza, akagarariza yivuye inyuma ivyemezo vyayo.

أَلَا لِلَّهِ ٱلدِّينُ ٱلْخَالِصُ ۚ وَٱلَّذِينَ ٱتَّخَذُوا۟ مِن دُونِهِۦٓ أَوْلِيَآءَ مَا نَعْبُدُهُمْ إِلَّا لِيُقَرِّبُونَآ إِلَى ٱللَّهِ زُلْفَىٰٓ إِنَّ ٱللَّهَ يَحْكُمُ بَيْنَهُمْ فِى مَا هُمْ فِيهِ يَخْتَلِفُونَ ۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَهْدِى مَنْ هُوَ كَٰذِبٌ كَفَّارٌ ﴿٣﴾

4. Iyo rero Imana Allah Ishaka kwigenera umwana, Yari guhitamwo mu biremwa vyayo uwo Ishatse. Ukuninahazwa ni ukw'Imana Allah, kurengeye cane kuba Yokwigenera umwana! Imana Allah ni Nyarudende, Nyeninkomezi-ntangere;

لَّوْ أَرَادَ ٱللَّهُ أَن يَتَّخِذَ وَلَدًا لَّٱصْطَفَىٰ مِمَّا يَخْلُقُ مَا يَشَآءُ ۚ سُبْحَٰنَهُۥ ۖ هُوَ ٱللَّهُ ٱلْوَٰحِدُ ٱلْقَهَّارُ ﴿٤﴾

5. Imana Allah, Yaremye vy'ukuri amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo, Iserura ijoro ahavuye umurango, Igaserura umurango ahavuye ijoro. Yaranaremye izuba n'ukwezi, kimwe cose gica mu nzira-ntasobwa yaco kugera kw'isango ryagezwe. Bantu, nimwumve mwumvireho! Burya Imana Allah Yaremye ivyo vyose, ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazinyinshi;

خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ بِٱلْحَقِّ ۖ يُكَوِّرُ ٱلَّيْلَ عَلَى ٱلنَّهَارِ وَيُكَوِّرُ ٱلنَّهَارَ عَلَى ٱلَّيْلِ ۖ وَسَخَّرَ ٱلشَّمْسَ وَٱلْقَمَرَ ۖ كُلٌّ يَجْرِى لِأَجَلٍ مُّسَمًّى ۗ أَلَا هُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْغَفَّارُ ﴿٥﴾

6. Bantu! Imana Allah, Yabaremye Ibakomoye kuri Adamu, maze Irema muri we umukenyezi wiwe. Iraheza Ibaremera n'amoko y'ibitungwa umunani; igitsina-gabo n'igitsina-gore mu ngamiya, mu nka, mu ntama no mu mpene. Iraheza Ibarema intambwe ku yindi mukiri mu nda

خَلَقَكُم مِّن نَّفْسٍ وَٰحِدَةٍ ثُمَّ جَعَلَ مِنْهَا زَوْجَهَا وَأَنزَلَ لَكُم مِّنَ ٱلْأَنْعَٰمِ ثَمَٰنِيَةَ أَزْوَٰجٍ ۚ يَخْلُقُكُمْ فِى بُطُونِ

أُمَّهَٰتِكُمْ خَلْقًا مِّنۢ بَعْدِ خَلْقٍ فِى ظُلُمَٰتٍ ثَلَٰثٍ ۚ ذَٰلِكُمُ ٱللَّهُ رَبُّكُمْ لَهُ ٱلْمُلْكُ ۖ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ۖ فَأَنَّىٰ تُصْرَفُونَ ﴿٦﴾

za ba nyoko mu myijima itatu: umwijima wo mu nda, uw'igitereko n'uwingovyi. Imana Yaremye ivyo rero, ni Yo Mana yanyu Rurema Allah, Nyenubwami, nta mana yindi ibwirijwe gusengwa atari Yo. Ni gute mureka gusenga Imana Imwe Rudende Allah, mugahitamwo kuyibangikanya!

إِن تَكْفُرُوا۟ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَنِىٌّ عَنكُمْ ۖ وَلَا يَرْضَىٰ لِعِبَادِهِ ٱلْكُفْرَ ۖ وَإِن تَشْكُرُوا۟ يَرْضَهُ لَكُمْ ۗ وَلَا تَزِرُ وَازِرَةٌ وِزْرَ أُخْرَىٰ ۗ ثُمَّ إِلَىٰ رَبِّكُم مَّرْجِعُكُمْ فَيُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ۚ إِنَّهُۥ عَلِيمٌۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ﴿٧﴾

7. Bantu! Nimwaramuka rero mugararije mu kutayemera no mu kutemera Intumwa zayo, muramenya ko mu vy'ukuri Imana Allah, Yikwije mu bumana bwayo ata n'ico Ibakeneyeko, kanatsinda ni mwebwe muyikeneye mu kubaho kwanyu, kandi ntishima namba ko abaja bayo bayigarariza; nimwayishimira rero mukanayigamburukira, Izobibashimira. Kandi nta n'umwe azohanirwa icaha c'uwundi, hanyuma muzokwegeranirizwa ku Mana yanyu Rurema Allah, Iheze Ibabwire ivyo mwakoze maze Ibibahembere. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irazi ibihishijwe mu mishaha.

وَإِذَا مَسَّ ٱلْإِنسَٰنَ ضُرٌّ دَعَا رَبَّهُۥ مُنِيبًا إِلَيْهِ ثُمَّ إِذَا خَوَّلَهُۥ نِعْمَةً مِّنْهُ نَسِىَ مَا كَانَ يَدْعُوٓا۟ إِلَيْهِ مِن قَبْلُ وَجَعَلَ لِلَّهِ أَندَادًا لِّيُضِلَّ عَن سَبِيلِهِۦ ۚ قُلْ تَمَتَّعْ بِكُفْرِكَ قَلِيلًا ۖ إِنَّكَ مِنْ أَصْحَٰبِ ٱلنَّارِ ﴿٨﴾

8. Iyo umuntu akozweko n'ivyago, aca yibuka Imana yiwe Rurema Allah, maze akayisaba ayitakambira ngo Ibimukureko; Igize ngo Iramwumviye mu kubimukurako, Ikamuha inema zayo, aca yibagira ibisabisho yahora agira, agaheza akayibangikanya n'ibigirwamana, kugira ahubishe abantu inzira y'ukwemera n'iy'igamburukiramana. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ryoherwa gato n'ubugarariji bwawe gushika upfe, wewe mu vy'ukuri, uri mu bantu bo mu muriro udahera".

أَمَّنْ هُوَ قَٰنِتٌ ءَانَآءَ ٱلَّيْلِ سَاجِدًا وَقَآئِمًا يَحْذَرُ ٱلْءَاخِرَةَ وَيَرْجُوا۟ رَحْمَةَ رَبِّهِۦ ۗ قُلْ هَلْ يَسْتَوِى ٱلَّذِينَ يَعْلَمُونَ وَٱلَّذِينَ لَا يَعْلَمُونَ ۗ إِنَّمَا يَتَذَكَّرُ أُو۟لُوا۟ ٱلْأَلْبَٰبِ ﴿٩﴾

9. Mbega burya umugarariji aryoherwa gato mu bugarariji bwiwe, ni we ntore ku Mana Allah, canke intore ni uwicisha bugufi kuri Yo, akayisenga ayubamira mu gicugu, atinya n'ibihano vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, yizeye no kugirirwa impuhwe n'Imana yiwe Rurema Allah! Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Mbega burya abazi Imana Allah bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, hari aho banganiye mu butore n'ubutoni n'abatayizi batubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ihibambewe, ntibashobora kungana". Ni ukuri, abibuka bagatandukanya icatsi n'ururo, ni abanyabwenge koko.

قُلْ يَٰعِبَادِ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱتَّقُوا۟ رَبَّكُمْ ۚ لِلَّذِينَ أَحْسَنُوا۟ فِى هَٰذِهِ ٱلدُّنْيَا حَسَنَةٌ ۗ وَأَرْضُ ٱللَّهِ وَٰسِعَةٌ ۗ إِنَّمَا يُوَفَّى ٱلصَّٰبِرُونَ أَجْرَهُم بِغَيْرِ حِسَابٍ ﴿١٠﴾

10. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abaja banje b'abemeramana uti: "Nimugamburukire Imana yanyu Rurema Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo". Abarangwa n'ubugwaneza, baragenewe ukuroranirwa mu buzima bwo kw'isi hamwe rero n'Ubwami bw'ijuru mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Kubera ivyo rero, isi y'Imana

Allah iragutse, nimwaburabuzwa mu kwemera kwanyu, muraheza mwimukire aho mwidegemvya mw'idini. Ni ukuri abihanganira iyubahirizwa ry'amabwirizwa y'Imana Allah, mu buzima bw'inyuma yo gupfa bazohabwa impembo nta ngere.

قُلْ إِنِّيٓ أُمِرْتُ أَنْ أَعْبُدَ ٱللَّهَ مُخْلِصًا لَّهُ ٱلدِّينَ ﴿١١﴾

11. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abantu bose uti: "Mu vy'ukuri Imana Allah, Yantegetse jewe hamwe n'abankurikiye kuyiyegereza mu vyo dukora vyose tunayisenga ari Imwe Rudende, tweza n'ivyo tugira vyose ku bwayo;

وَأُمِرْتُ لِأَنْ أَكُونَ أَوَّلَ ٱلْمُسْلِمِينَ ﴿١٢﴾

12. Kandi Yantegetse kuba umwislamu wa mbere mu bo narungitsweko, nicisha bugufi nkayisenga ari Imana Imwe Rudende Allah ntayibangikanya".

قُلْ إِنِّيٓ أَخَافُ إِنْ عَصَيْتُ رَبِّى عَذَابَ يَوْمٍ عَظِيمٍ ﴿١٣﴾

13. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abantu bose uti: "Mu vy'ukuri jewe, mu gihe noca kubiri no gusenga Imana yanje Rurema Allah ari Imwe Rudende, ndatinya ko Yompana ku musi uhambaye w'izuka".

قُلِ ٱللَّهَ أَعْبُدُ مُخْلِصًا لَّهُۥ دِينِى ﴿١٤﴾

14. Ntumwa y'Imana! Vuga wemanga ukwemera kwawe uti: "Burya jewe, niyegereza Imana Allah mu vyo nkora vyose, maze nkayisenga ari Imwe Rudende, nkeza n'ivyo ngira vyose ku bwayo;

فَٱعْبُدُوا۟ مَا شِئْتُم مِّن دُونِهِۦ ۗ قُلْ إِنَّ ٱلْخَـٰسِرِينَ ٱلَّذِينَ خَسِرُوٓا۟ أَنفُسَهُمْ وَأَهْلِيهِمْ يَوْمَ ٱلْقِيَـٰمَةِ ۗ أَلَا ذَٰلِكَ هُوَ ٱلْخُسْرَانُ ٱلْمُبِينُ ﴿١٥﴾

15. Babangikanyamana! Nimusenge ivyo mushaka mu bigirwamana mu gishingo c'Imana Allah, ivyo vyose nta co binyicira". Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Mu vy'ukuri abari mu ruhombo nya ruhombo, ni barya bihombeye bagahomba n'imiryango yabo ku musi w'izuka[1]". Bantu, nimwumve mwumvireho! Urwo rero, ni rwo ruhombo rugaragara.

لَهُم مِّن فَوْقِهِمْ ظُلَلٌ مِّنَ ٱلنَّارِ وَمِن تَحْتِهِمْ ظُلَلٌ ۚ ذَٰلِكَ يُخَوِّفُ ٱللَّهُ بِهِۦ عِبَادَهُۥ ۚ يَـٰعِبَادِ فَٱتَّقُونِ ﴿١٦﴾

16. Abo bahomvye ku musi w'izuka, bagenewe ibihano bikaze vy'umuriro uzoba ubakikuje hejuru no musi, nk'amagorofa amahanga. Ivyo bihano rero, Imana Allah Ivyiganira abaja bayo, kugira bikebuke maze bavyiyubare. Emwe baja banje! Nimungamburukire rero mu kwubahiriza amabwirizwa yanje.

وَٱلَّذِينَ ٱجْتَنَبُوا۟ ٱلطَّـٰغُوتَ أَن يَعْبُدُوهَا وَأَنَابُوٓا۟ إِلَى ٱللَّهِ لَهُمُ ٱلْبُشْرَىٰ ۚ فَبَشِّرْ عِبَادِ ﴿١٧﴾

17. Na barya bitandukanya n'isengwa ry'ibigirwamana vy'ubwoko bwose[2], bakagaruka bakigaya ku Mana Allah, maze bakayiyegereza mu vyo bagira vyose, bagenewe inkuru nziza yo kuyagwa no gushobozwa n'Imana Allah mu buzima bwo kw'isi, hamwe rero no kuronswa impembo nziza kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru. Ntumwa y'Imana! Shikiriza rero inkuru nziza ihumuriza abaja banje;

---

[1] Kuko bahuvye bakanahubisha imiryango yabo inzira y'ukwemera Imana Imwe Rudende Allah.
[2] Ibigirwamana vyo mu bwoko bwose "TWAAGHUUT", ni ikiremwa ico ari co cose gisengwa mu gishingo c'Imana Allah, gishimishwa n'iryo sengwa.

18. Barya bumviriza ijambo, maze bakubahiriza irigororotse gusumba; iryo na ryo rikaba ari jambo ry'Imana Allah n'iry'Intumwa yayo. Abo rero, ni bo Imana Allah Yarongoye mu gushobozwa kurangwa n'ingeso hamwe n'ibikorwa vyiza. Abo, ni na bo banyabwenge koko.

ٱلَّذِينَ يَسْتَمِعُونَ ٱلْقَوْلَ فَيَتَّبِعُونَ أَحْسَنَهُۥٓ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ هَدَىٰهُمُ ٱللَّهُ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمْ أُو۟لُوا۟ ٱلْأَلْبَٰبِ ﴿١٨﴾

19. Ntumwa y'Imana! Burya, uwagiriwe n'igihano ku gushishikara kwiwe mu bugarariji, nta buhinga wokoresha ngo umugire umugororotsi. Ntumwa y'Imana! Mbega none, burya urashoboye gukingira umuntu ari mu muriro ngo ntahanwe! Wanguha.

أَفَمَنْ حَقَّ عَلَيْهِ كَلِمَةُ ٱلْعَذَابِ أَفَأَنتَ تُنقِذُ مَن فِى ٱلنَّارِ ﴿١٩﴾

20. Ariko rero, abagamburukira Imana yabo Rurema Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, baragenewe mu Bwami bw'ijuru ivyumba vy'amagorofa musi yavyo hatemba inzuzi. Iryo rero, ni isezerano Imana Allah, Yasezeraniye abagamburukiramana, kandi Imana Allah ntica kubiri n'isezerano ryayo.

لَٰكِنِ ٱلَّذِينَ ٱتَّقَوْا۟ رَبَّهُمْ لَهُمْ غُرَفٌ مِّن فَوْقِهَا غُرَفٌ مَّبْنِيَّةٌ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ ۖ وَعْدَ ٱللَّهِ لَا يُخْلِفُ ٱللَّهُ ٱلْمِيعَادَ ﴿٢٠﴾

21. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwabonye ko mu vy'ukuri Imana Allah, Ituma hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, Igaca Icira inzira nya mazi y'imvura akanyika, maze akadudubiza kw'isi ari imbizi n'inzuzi zitemba, hanyuma Ikanagisha ibiterwa bitotahaye bitandukanye kw'ibara n'ubwoko hakoreshejwe amazi ya nya mvura; mu nyuma, nya biterwa bigakaba bigahindura ibara bigahishira ukabona bisa n'umuhondo, hanyuma bigahungurura amababi aheza akavungagurika ku bushobozi bw'Imana Allah! Mu vy'ukuri muri ivyo vyose, ni ukuri harimwo inyigisho n'urwibutso ku banyabwenge koko.

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ أَنزَلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً فَسَلَكَهُۥ يَنَٰبِيعَ فِى ٱلْأَرْضِ ثُمَّ يُخْرِجُ بِهِۦ زَرْعًا مُّخْتَلِفًا أَلْوَٰنُهُۥ ثُمَّ يَهِيجُ فَتَرَىٰهُ مُصْفَرًّا ثُمَّ يَجْعَلُهُۥ حُطَٰمًا ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَذِكْرَىٰ لِأُو۟لِى ٱلْأَلْبَٰبِ ﴿٢١﴾

22. Mbega burya, umuntu yaguriwe n'Imana Allah igikiriza agahimbarwa no kuyemera akaba umwislamu, maze akagendera mu muco w'uburongozi bw'Imana yiwe Rurema Allah, yoba anganya ubotore n'ubutoni, n'uwurangwa n'agatimatare ko kutayemera! Ntibashobora kunganya ubutore n'ubutoni. Uguhanwa nya guhanwa rero, ni ukw'abarangwa n'agatimatare batigera bibuka Imana Allah. Abo, ni bo rero bari mu muzimagiza ugaragara uri kure y'ukuri.

أَفَمَن شَرَحَ ٱللَّهُ صَدْرَهُۥ لِلْإِسْلَٰمِ فَهُوَ عَلَىٰ نُورٍ مِّن رَّبِّهِۦ ۚ فَوَيْلٌ لِّلْقَٰسِيَةِ قُلُوبُهُم مِّن ذِكْرِ ٱللَّهِ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ فِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٢٢﴾

23. Imana Allah, Yamanuye amajambo meza cane, ayo majambo akaba ari Qor'ani isusa mu bwiza no mu ngingo vyayo; itigera ivuguruzanya mu ngingo zayo; irimwo amateka y'Intumwa yisubiriza aha na harya, ingingo n'ivyemezo bitomoye; ntitera ubunebwe uwuyisomye n'aho yoyisoma kenshi yisubiriza; iyo isomwe, abatinya

ٱللَّهُ نَزَّلَ أَحْسَنَ ٱلْحَدِيثِ كِتَٰبًا مُّتَشَٰبِهًا مَّثَانِىَ تَقْشَعِرُّ مِنْهُ جُلُودُ ٱلَّذِينَ يَخْشَوْنَ رَبَّهُمْ ثُمَّ تَلِينُ جُلُودُهُمْ وَقُلُوبُهُمْ إِلَىٰ ذِكْرِ ٱللَّهِ ۚ ذَٰلِكَ هُدَى ٱللَّهِ

ibihano vy'Imana yabo Rurema Allah barahinda agashitsi, maze imibiri n'imitima vyabo bikoroha mu guhurumbira ivyiza. Ubwo rero, ni bwo burongozi bwa Qor'ani, Imana Allah Ishoboza kubutumbera uwo Ishatse. Uwubaye intumva rero, Imana Allah Ikamuhubisha inzira ku butumva bwiwe, ntazoronka n'umwe ashobora kumurongora mu nzira yayo.

يَهْدِى بِهِۦ مَن يَشَآءُ ۚ وَمَن يُضْلِلِ ٱللَّهُ فَمَا لَهُۥ مِنْ هَادٍ ﴿٢٣﴾

24. Mbega burya, uwuzotabwa mu muriro ku musi w'izuka abohewe amaboko imugongo kubera ubugarariji bwiwe, gutyo ntashobore kuwikingira mu maso, yoba ari we ntore ku Mana Allah, canke intore ni uwuri mu nema zo mu Bwami bw'ijuru kubera ubugamburutsi bwiwe! Kuri uwo musi rero, abirenganije bazobwirwa ku gahemo bati: "Nimuhonje rero ibihano ku vyo mwari mwararondeye kw'isi".

أَفَمَن يَتَّقِى بِوَجْهِهِۦ سُوٓءَ ٱلْعَذَابِ يَوْمَ ٱلْقِيَـٰمَةِ ۚ وَقِيلَ لِلظَّـٰلِمِينَ ذُوقُوا۟ مَا كُنتُمْ تَكْسِبُونَ ﴿٢٤﴾

25. Ntumwa y'Imana! Abo hambere y'abantu bawe warungitsweko, barahakanye bivuye inyuma Intumwa zabo, baraheza bashikirwa n'ibihano mu buryo batari biteze;

كَذَّبَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ فَأَتَىٰهُمُ ٱلْعَذَابُ مِنْ حَيْثُ لَا يَشْعُرُونَ ﴿٢٥﴾

26. Gutyo Imana Allah, Ibahonja ibihano vyo gusuzugurika kw'isi, ni ukuri baranategekanirijwe mu buzima bw'inyuma yo gupfa ibihano bikaze kandi biremereye cane. Iyo rero ababangikanyamana bamenya ko abo hambere yabo bahanwe ku bugarariji bwabo, bokwikebutse bakemera Imana Allah.

فَأَذَاقَهُمُ ٱللَّهُ ٱلْخِزْىَ فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا ۖ وَلَعَذَابُ ٱلْـَٔاخِرَةِ أَكْبَرُ ۚ لَوْ كَانُوا۟ يَعْلَمُونَ ﴿٢٦﴾

27. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarahaye ababangikanyamana muri iyi Qor'ani, uburorero bukwiye butandukanye, kugira banyurwe bikebuke, baheze bavavanure n'ibangikanyamana;

وَلَقَدْ ضَرَبْنَا لِلنَّاسِ فِى هَـٰذَا ٱلْقُرْءَانِ مِن كُلِّ مَثَلٍ لَّعَلَّهُمْ يَتَذَكَّرُونَ ﴿٢٧﴾

28. Qor'ani Twayimanuye mu rurimi rw'icarabu, itomoye mu majambo no mu nsiguro vyayo, itagiramwo akanenge; ivyo bikaba biri ukwo, kugira bagamburikire Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo.

قُرْءَانًا عَرَبِيًّا غَيْرَ ذِى عِوَجٍ لَّعَلَّهُمْ يَتَّقُونَ ﴿٢٨﴾

29. Imana Allah, Yarabaciriye agace k'abantu babiri; umwe muri bo, agabwa akaganzwa n'abantu benshi bamukoresha mu vyo umwumwe wese muri bo ashaka mu mwanya umwe, maze akananirwa ukuntu yobashimisha bose; uwundi na we akagabwa akaganzwa n'umuntu umwe rudende, aheza akamukoresha mu vyo ashaka, maze na we akamushimisha. Burya none abo bantu babiri, bokworoherwa kumwe mu kurangurana ubukerebutsi ico basabwa! Wanguha. Ni nk'ukwo nyene rero, umubangikanyamana yama mu makenga n'ihungabana ryo kudashobora gushimisha ibigirwamana, mu gihe umwemeramana yama atekaniwe ashoboye no

ضَرَبَ ٱللَّهُ مَثَلًا رَّجُلًا فِيهِ شُرَكَآءُ مُتَشَـٰكِسُونَ وَرَجُلًا سَلَمًا لِّرَجُلٍ هَلْ يَسْتَوِيَانِ مَثَلًا ۚ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ ۚ بَلْ أَكْثَرُهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٢٩﴾

gushimisha Imana Allah. Ishimagizwa rero, ni iry'Imana Allah, ahubwo abenshi mu babangikanyamana, ntibazi ukuri ngo bagukurikire.

30. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri wewe uzopfa, kandi na bo nyene mu vy'ukuri bazopfa;

إِنَّكَ مَيِّتٌ وَإِنَّهُم مَّيِّتُونَ ﴿٣٠﴾

31. Hanyuma mu vy'ukuri, mwese ku musi w'izuka muzoheza muburane ku Mana Allah, Iheze Ibatunganirize vy'ukuri.

ثُمَّ إِنَّكُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ عِندَ رَبِّكُمْ تَخْتَصِمُونَ ﴿٣١﴾

32. Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah[1], canke uwuhakana yivuye inyuma ukuri kwarungikanwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) igihe kumushikiriye. Ni ukuri mu muriro wa Jahannamu, ni ho hari icumbi ry'abagarariji.

۞فَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّن كَذَبَ عَلَى ٱللَّهِ وَكَذَّبَ بِٱلصِّدْقِ إِذْ جَآءَهُۥٓ ۚ أَلَيْسَ فِى جَهَنَّمَ مَثْوًى لِّلْكَٰفِرِينَ ﴿٣٢﴾

33. Uwazanye ukuri mu mvugo n'ingiro mu Ntumwa maze akakugendera, we hamwe n'abamukurikiye, ni bo bagamburukiramana koko;

وَٱلَّذِى جَآءَ بِٱلصِّدْقِ وَصَدَّقَ بِهِۦٓ أُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُتَّقُونَ ﴿٣٣﴾

34. Bagenewe kuronka ivyiza bipfuza ku Mana yabo Rurema Allah; iyo, ni yo mpembo y'abagwaneza mu kwubahiriza amabwirizwa;

لَهُم مَّا يَشَآءُونَ عِندَ رَبِّهِمْ ۚ ذَٰلِكَ جَزَٰٓؤُا۟ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٣٤﴾

35. Ivyo biri ukwo, kugira Imana Allah Ibagumirize akabanga ku vyaha bakoze kw'isi bivanye n'ukwigaya kwabo, Iheze Ababababarire, Yongere Ibahembere ivyiza bakoze kw'isi mu kuronswa impembo nziza cane y'Ubwami bw'ijuru.

لِيُكَفِّرَ ٱللَّهُ عَنْهُمْ أَسْوَأَ ٱلَّذِى عَمِلُوا۟ وَيَجْزِيَهُمْ أَجْرَهُم بِأَحْسَنِ ٱلَّذِى كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿٣٥﴾

36. Burya none Imana Allah, si Yo Ibungabunga Umuja wayo Muhamadi mu kumukingira kugirirwa nabi n'ababangikanyamana! Ego cane, ni Yo Imubungabunga mu bijanye n'idini, Ikamuzigama no mu buzima bwo kw'isi. Ntumwa y'Imana! Baragutera n'ubwoba ko ibigirwamana vyokugeramira. Humura nta co bizokugira. Uwubaye intumva rero, Imana Allah Ikamuhubisha inzira ku butumva bwiwe, ntashobora kuronka n'umwe amurongora mu nzira yayo;

أَلَيْسَ ٱللَّهُ بِكَافٍ عَبْدَهُۥ ۖ وَيُخَوِّفُونَكَ بِٱلَّذِينَ مِن دُونِهِۦ ۚ وَمَن يُضْلِلِ ٱللَّهُ فَمَا لَهُۥ مِنْ هَادٍ ﴿٣٦﴾

37. Nayo uwushobojwe n'Imana Allah akemera akanagamburuka, ntihazoboneka n'umwe ashobora kumuhubisha inzira y'ukuri. Burya none Imana Allah, si Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Yihora bikwiye abayigarariza!

وَمَن يَهْدِ ٱللَّهُ فَمَا لَهُۥ مِن مُّضِلٍّ ۗ أَلَيْسَ ٱللَّهُ بِعَزِيزٍ ذِى ٱنتِقَامٍ ﴿٣٧﴾

38. Ntumwa y'Imana! No mu gihe woramuka ubajije ababangikanyamana uti: "Mbega, ni nde Yaremye amajuru n'isi?". Ni ukuri, bazokwishura ata gushidikanya bati: "Vyaremwe n'Imana Allah". Nibemanga ko ari Yo

وَلَئِن سَأَلْتَهُم مَّنْ خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ لَيَقُولُنَّ ٱللَّهُ ۚ قُلْ أَفَرَءَيْتُم مَّا

[1] Mu kuyitirira ibitaberanye n'icubahiro cayo; nko kuyitirira umwana, canke umugore, canke kuyibangikanya, canke gushinga ingingo ngo ni iy'Imana Allah kandi ata ho Yigeze Iyihishura.

Rurema, uraca ubabaza kandi uti: “Mbega burya none, ibigirwamana musaba mu gishingo c’Imana Allah, birashoboye kunkura mu kaga n’igeragezwa nashizwemwo n’Imana Allah, canke birashoboye gutuma ntashikirwa n’ivyiza n’impuhwe nagiriwe n’Imana Allah!”. Nibemanga ko bitabishoboye, uraca ubabwira uti: “Imana Allah rero, ni Yo Ikwiye kunkingira. Abizera rero nibishimikize nyabuna kuri Yo bayizere”.

تَدۡعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ إِنۡ أَرَادَنِيَ ٱللَّهُ بِضُرّٖ هَلۡ هُنَّ كَٰشِفَٰتُ ضُرِّهِۦٓ أَوۡ أَرَادَنِي بِرَحۡمَةٍ هَلۡ هُنَّ مُمۡسِكَٰتُ رَحۡمَتِهِۦۚ قُلۡ حَسۡبِيَ ٱللَّهُۖ عَلَيۡهِ يَتَوَكَّلُ ٱلۡمُتَوَكِّلُونَ ٣٨

39. Ntumwa y’Imana! Vuga uti: “Emwe bantu narungitsweko! Nimukore ivyo mugira vyose nk’uko muvyipfuza mu gusenga ibigirwamana ata co bishoboye, jewe mu vy’ukuri nkora ivyo nkora, nisunze amabwirizwa y’Imana Allah, bitebe bitebuke rero muzomenya;

قُلۡ يَٰقَوۡمِ ٱعۡمَلُواْ عَلَىٰ مَكَانَتِكُمۡ إِنِّي عَٰمِلٞۖ فَسَوۡفَ تَعۡلَمُونَ ٣٩

40. Uwuzoshikirwa n’ibihano bisuzuguza mu buzima bwo kw’isi, agaheza akaja no mu bihano vyamaho mu buzima bw’inyuma yo gupfa”.

مَن يَأۡتِيهِ عَذَابٞ يُخۡزِيهِ وَيَحِلُّ عَلَيۡهِ عَذَابٞ مُّقِيمٌ ٤٠

41. Ntumwa y’Imana! Mu vy’ukuri Twebwe Allah, Twakumanuriye Qor’ani vy’ukuri, kugira ibere uburongozi ibiremwa mu bantu no mu Majini. Uwuzotumbera rero inzira igororotse akagendera n’inyigisho zayo, ni we nyene bizogirira akamaro; uwuzohuba iyo nzira na we akaba intumva, ni we nyene bizogirira inkurikizi mbi; kira noneho, wewe nturi umuhagarikizi abazwa ku vyo bakoze, ujejwe gusa kubashikiriza ubutumwa.

إِنَّآ أَنزَلۡنَا عَلَيۡكَ ٱلۡكِتَٰبَ لِلنَّاسِ بِٱلۡحَقِّۖ فَمَنِ ٱهۡتَدَىٰ فَلِنَفۡسِهِۦۖ وَمَن ضَلَّ فَإِنَّمَا يَضِلُّ عَلَيۡهَاۖ وَمَآ أَنتَ عَلَيۡهِم بِوَكِيلٍ ٤١

42. Imana Allah, Yaka ubuzima burundu ibiremwa mu gihe hageze ko bipfa[1] bigapfa; Ikaka ubuzima ibindi biremwa hataragera ko bipfa mu gihe bisinziriye (biri mw’itiro)[2]; maze Igasinziriza ubutakivayo ibiremwa Yandikiye ko bipfa, bigapfira muri nya tiro; Igaheza Igasubiza ubuzima ibindi biremwa bikikangura, maze bikabaho gushika isango rizwi ryo gupfa kwavyo rigere. Muri ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo bigaragara vyotuma abantu biyumvira, bikebuka bagatahura ubushobozi n'ububasha vy’Imana Allah.

ٱللَّهُ يَتَوَفَّى ٱلۡأَنفُسَ حِينَ مَوۡتِهَا وَٱلَّتِي لَمۡ تَمُتۡ فِي مَنَامِهَاۖ فَيُمۡسِكُ ٱلَّتِي قَضَىٰ عَلَيۡهَا ٱلۡمَوۡتَ وَيُرۡسِلُ ٱلۡأُخۡرَىٰٓ إِلَىٰٓ أَجَلٖ مُّسَمًّىۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَٰتٖ لِّقَوۡمٖ يَتَفَكَّرُونَ ٤٢

[1] Urwo ni urupfu rukuru, rwitwa urupfu rukuru kuko inkomoko y’ubuzima “Roho” itandukana n’umubiri burundu kuko ikiringo co kubaho kw’isi kiba kirangiye; gutyo kwa gukakaza, kwumva no kubona vyatuma umuntu atahura ibiriko biraba, bigahagarara burundu.

[2] Ugusinzira kwitwa urupfu ruto, kuko inkomoko y’ubuzima “Roho” itandukana n’umubiri mu gihe usinziriye, ku buryo ushobora gusa kwikakaza no guhema, ariko udashobora kwumva no kubona ngo utahure ibiriko biraba mu gihe cose uba ugisinziriye. Ugusinzira rero, ni urupfu ruto rushikira zina kiremwa-muntu ku musi ku musi, rukaba rwari rukwiye gutuma umuntu yibuka ko hariho urupfu rukuru.

أَمِ ٱتَّخَذُواْ مِن دُونِ ٱللَّهِ شُفَعَآءَۚ قُلۡ أَوَلَوۡ كَانُواْ لَا يَمۡلِكُونَ شَيۡـٔٗا وَلَا يَعۡقِلُونَ ﴿٤٣﴾

43. Canke ababangikanyamana bagize ibigirwamana basenga mu gishingo c'Imana Allah, kugira bibavugire kuri Yo! Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mbega none, ibigirwamana vyobavugira gute kandi na vyo nyene ata na kimwe bigaba, eka ntibinamenya namba ko mubisenga!".

قُل لِّلَّهِ ٱلشَّفَٰعَةُ جَمِيعٗاۖ لَّهُۥ مُلۡكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ ثُمَّ إِلَيۡهِ تُرۡجَعُونَ ﴿٤٤﴾

44. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Burya, ivugira n'ivugirwa ry'ibiremwa vyose, ni ivy'Imana Allah; riba ku burenganzira bwayo, ni Yo Nyenubwami Iganza ibiri mu majuru no mw'isi n'ibiri hagati yavyo; hanyuma rero, ni kuri Yo muzosubizwa kugira muharurirwe, muheze muhemberwe ivyo mwakoze".

وَإِذَا ذُكِرَ ٱللَّهُ وَحۡدَهُ ٱشۡمَأَزَّتۡ قُلُوبُ ٱلَّذِينَ لَا يُؤۡمِنُونَ بِٱلۡأٓخِرَةِۖ وَإِذَا ذُكِرَ ٱلَّذِينَ مِن دُونِهِۦٓ إِذَا هُمۡ يَسۡتَبۡشِرُونَ ﴿٤٥﴾

45. Iyo rero havuzwe Imana Allah Yonyene, imitima y'abatemera ko hari ubuzima bw'inyuma yo gupfa, irashishwa n'ishavu n'akantu ikajugumira. Iyo havuzwe ibigirwamana naho, akamwemwe kakabasya, kuko havuzwe ikijanye n'ivyipfuzo vyabo; maze imitima yabo ikaremurukirwa.

قُلِ ٱللَّهُمَّ فَاطِرَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ عَٰلِمَ ٱلۡغَيۡبِ وَٱلشَّهَٰدَةِ أَنتَ تَحۡكُمُ بَيۡنَ عِبَادِكَ فِي مَا كَانُواْ فِيهِ يَخۡتَلِفُونَ ﴿٤٦﴾

46. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ewe Mana yanje Nzima! Rutanguzandemo Waremye amajuru n'isi! Rumenyi w'ibintu vyose; ibinyegeje n'ibiboneka! Ni Wewe ku musi w'izuka, Uzocira abaja bawe urutunganye, rugaragaza ukuri hagati y'abemeramana n'abagarariji ku vyo bahora bahazanako mw'idini, ndongora mu kunshikana ku kuri ku burenganzira bwawe, Wewe mu vy'ukuri, Urongora uwo Ushatse mu nzira igororotse[1]".

وَلَوۡ أَنَّ لِلَّذِينَ ظَلَمُواْ مَا فِي ٱلۡأَرۡضِ جَمِيعٗا وَمِثۡلَهُۥ مَعَهُۥ لَٱفۡتَدَوۡاْ بِهِۦ مِن سُوٓءِ ٱلۡعَذَابِ يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِۚ وَبَدَا لَهُم مِّنَ ٱللَّهِ مَا لَمۡ يَكُونُواْ يَحۡتَسِبُونَ ﴿٤٧﴾

47. Abirenganije mw'ibangikanyamana, iyo baba bagaba ibiri mw'isi vyose, hiyongeyeko n'ibindi nkavyo, bobitanze kugira bigombore muri vyo ku musi w'izuka; kira noneho, n'aho bobitanga ngo bigombore muri nya bihano, ntibirota vyemerwa namba. Kuri uwo musi rero, bazobona mu bihano vy'Imana Allah, ivyo batigera bibaza bakiri kw'isi ko vyoshika, bagwe mu gahundwe;

وَبَدَا لَهُمۡ سَيِّـَٔاتُ مَا كَسَبُواْ وَحَاقَ بِهِم مَّا كَانُواْ بِهِۦ يَسۡتَهۡزِءُونَ ﴿٤٨﴾

48. Bazobona kuri uwo musi w'iharurirwa ry'ibiremwa, indishi mbi y'ivyo bari bararondeye kw'isi, mu kwitirira Imana Allah ibitaberanye n'icubahiro cayo, bazonasagirizwa n'ibihano bibabaza ku vyo bahora bateburako.

فَإِذَا مَسَّ ٱلۡإِنسَٰنَ ضُرّٞ دَعَانَا ثُمَّ إِذَا خَوَّلۡنَٰهُ نِعۡمَةٗ مِّنَّا قَالَ إِنَّمَآ أُوتِيتُهُۥ

49. Iyo umuntu ashikiwe n'ivyago, aca atwitabaza Twebwe Allah ngo Tubimukureko, nta ko atagira mu kudutaka mu buryo bwose; Twamara kubimukurako Tukamuha inema ivuye iwacu, agaheza akinamura avuga yihaya yihayagiza mu kugarariza Imana Allah, ati: "Ni ukuri ivyo naronkejwe,

[1] Iki gisabisho, ni kimwe mu bisabisho Intumwa yakunda gusaba mu ntumbero yo kwigisha abemeramana kugaruka ku Mana Allah mu kuyisaba hakoreshejwe amazina n'amatazirano vyayo.

nabihawe kuko Imana Allah Izi ko ndabikwiye". Ahubwo nyabuna, uguhabwa kw'abantu inema, ni ikigeragezo kuri bo kugira hamenyekane (ku vyo Imana Allah Isanzwe Izi), uwushimira Imana Allah n'uwuyigarariza; ariko rero abenshi muri bo ku bujuju bwabo, ntibazi ko bageragezwa ku nema bahawe n'Imana Allah;

عَلَىٰ عِلۡمِۭۚ بَلۡ هِيَ فِتۡنَةٞ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَهُمۡ لَا يَعۡلَمُونَ ٤٩

50. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri imigwi y'abantu bagararije aho hambere y'abantu bawe, baravuze ijambo nk'iryo ryo kwihakana inema z'Imana Allah, maze bararihanirwa; ico gihe rero, ivyo begeranije mu matungo n'abana, nta co vyabamariye;

قَدۡ قَالَهَا ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِمۡ فَمَآ أَغۡنَىٰ عَنۡهُم مَّا كَانُواْ يَكۡسِبُونَ ٥٠

51. Kubera iryo jambo, ni ho rero bibonerako inkurikizi y'ivyo bakoze, maze barahanwa mu buzima bwo kw'isi. Ntumwa y'Imana! N'abirenganije rero mu kuvuga iryo jambo mu bantu bawe, bazokwibonerako inkurikizi y'ivyo bakoze maze bahanwe, kandi ntibazocaruka ngo bananire Imana Allah.

فَأَصَابَهُمۡ سَيِّـَٔاتُ مَا كَسَبُواْۚ وَٱلَّذِينَ ظَلَمُواْ مِنۡ هَٰٓؤُلَآءِ سَيُصِيبُهُمۡ سَيِّـَٔاتُ مَا كَسَبُواْ وَمَا هُم بِمُعۡجِزِينَ ٥١

52. Mbega ntibamenye, ko Imana Allah Ironsa uwo Ishatse mu biremwa vyayo umusesekara w'ibimubeshaho kugira Imugerageze[1], Ikanagerera uwo Ishatse muri vyo kugira Imugerageze; bidaturutse ku butoni bw'uriya canke ku bugaba bw'uyu[2]! Mu vy'ukuri muri iryo ronswa ry'umusesekara canke igererwa ry'ibibeshaho, ni ukuri harimwo ivyemezo ku bemeramana bemera amabwirizwa y'Imana Allah bakanayashira mu ngiro, vyerekana ko ibeshwaho ry'ibiremwa ari ku mpuhwe n'ubugwaneza vy'Imana Allah.

أَوَلَمۡ يَعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ يَبۡسُطُ ٱلرِّزۡقَ لِمَن يَشَآءُ وَيَقۡدِرُۚ إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَأٓيَٰتٖ لِّقَوۡمٖ يُؤۡمِنُونَ ٥٢

53. Ntumwa y'Imana! Bwira abaja banje barendegeye mu vyaha uti: "Ntimukihebure ku bwinshi bw'ivyaha vyanyu, ko mutobabarirwa ku mpuhwe z'Imana Allah; mu vy'ukuri Imana Allah, Iragumya akabanga ku vyaha vy'uwigaye, Ikanabibabarira vyose; mu vy'ukuri, ni Yo Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo";

۞قُلۡ يَٰعِبَادِيَ ٱلَّذِينَ أَسۡرَفُواْ عَلَىٰٓ أَنفُسِهِمۡ لَا تَقۡنَطُواْ مِن رَّحۡمَةِ ٱللَّهِۚ إِنَّ ٱللَّهَ يَغۡفِرُ ٱلذُّنُوبَ جَمِيعًاۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلۡغَفُورُ ٱلرَّحِيمُ ٥٣

54. Bantu! Enda nyabuna rero, nimugaruke ku Mana yanyu Rurema Allah maze mwigaye, muheze mwicishe bugufi kuri Yo imbere yuko mushikirwa n'ibihano vyayo, hanyuma ntimunaronke n'umwe abatabara;

وَأَنِيبُوٓاْ إِلَىٰ رَبِّكُمۡ وَأَسۡلِمُواْ لَهُۥ مِن قَبۡلِ أَن يَأۡتِيَكُمُ ٱلۡعَذَابُ ثُمَّ لَا تُنصَرُونَ ٥٤

55. Muheze mukurikire n'ivyiza mwamanuriwe n'Imana yanyu Rurema Allah muri Qor'ani, mubigendere mu

وَٱتَّبِعُوٓاْ أَحۡسَنَ مَآ أُنزِلَ إِلَيۡكُم مِّن

[1] Ko ashima inema z'Imana Allah akayisenga ari Imwe Rudende canke ko azihakana akayigarariza.

[2] ko yihangana akigumya, akabumbwa n'ivyo aronse canke ko ahababuka agata imiragwe ku Mana Allah no ku bantu.

kwubahiriza amabwirizwa yayo imbere yuko mushikirwa n'ibihano mutabizi;

رَّبِّكُم مِّن قَبْلِ أَن يَأْتِيَكُمُ ٱلْعَذَابُ بَغْتَةً وَأَنتُمْ لَا تَشْعُرُونَ ﴿٥٥﴾

56. Maze umuntu akicuza avuga ati: "Ese agahombo nagize mu kutitwararika gukora ivyo nabwirijwe n'Imana Allah! Ni ukuri kw'isi, nari mu batebura kuri vyo, ku Ntumwa no ku bemeramana";

أَن تَقُولَ نَفْسٌ يَٰحَسْرَتَىٰ عَلَىٰ مَا فَرَّطتُ فِى جَنۢبِ ٱللَّهِ وَإِن كُنتُ لَمِنَ ٱلسَّٰخِرِينَ ﴿٥٦﴾

57. Canke akavuga ati: "Iyo Imana Allah Indongora mw'idini ryayo, ni ukuri nari kuba ndi mu bagamburukiramana";

أَوْ تَقُولَ لَوْ أَنَّ ٱللَّهَ هَدَىٰنِى لَكُنتُ مِنَ ٱلْمُتَّقِينَ ﴿٥٧﴾

58. Canke akavuga igihe yabonye yamaze gusagirizwa n'ibihano vy'Imana Allah, ku musi w'izuka, ati: "Ese icompa nkasubizwa kandi kw'isi, ngaheza nkaba mu bagwaneza bubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah!".

أَوْ تَقُولَ حِينَ تَرَى ٱلْعَذَابَ لَوْ أَنَّ لِى كَرَّةً فَأَكُونَ مِنَ ٱلْمُحْسِنِينَ ﴿٥٨﴾

59. Imana Allah Izoheza Yishure Iti: "Muntu! Ntibikabe nk'uko ubivuze! Ni ukuri, warashikiriwe n'ivyemezo vyanje vyerekana ukuri, maze urabihakana wivuye inyuma, uranagira amanyama mu kutavyemera, wari no mu bagarariji bagarariza Imana Allah n'Intumwa zayo".

بَلَىٰ قَدْ جَآءَتْكَ ءَايَٰتِى فَكَذَّبْتَ بِهَا وَٱسْتَكْبَرْتَ وَكُنتَ مِنَ ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٥٩﴾

60. Ku musi w'izuka rero, abahakanye bivuye inyuma mu kubangikanya Imana Allah bayitirira n'ibitaberanye n'icubahiro cayo, uzobabona bijiriwe, mu maso hirabuye. Ni ukuri mu muriro wa Jahannamu, ni ho hari icumbi ry'abagira amanyama mu kudasenga Imana Imwe Rudende Allah.

وَيَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ تَرَى ٱلَّذِينَ كَذَبُوا۟ عَلَى ٱللَّهِ وُجُوهُهُم مُّسْوَدَّةٌ ۚ أَلَيْسَ فِى جَهَنَّمَ مَثْوًى لِّلْمُتَكَبِّرِينَ ﴿٦٠﴾

61. Imana Allah rero, Izoheza Irokore mu bihano, abayigamburukiye mu kwubahiriza amabwirizwa yayo mu kubashikana ku ntsinzi y'Ubwami bw'ijuru bipfuza, ntibazokorwako n'akabi, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu namba ku vyo basize kw'isi.

وَيُنَجِّى ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ٱتَّقَوْا۟ بِمَفَازَتِهِمْ لَا يَمَسُّهُمُ ٱلسُّوٓءُ وَلَا هُمْ يَحْزَنُونَ ﴿٦١﴾

62. Imana Allah, ni Yo Rurema Ikaba n'Umugabe Yaremye ibintu vyose, ni na Yo Muhagarikizi Itunganiriza ibiremwa;

ٱللَّهُ خَٰلِقُ كُلِّ شَىْءٍ ۖ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ وَكِيلٌ ﴿٦٢﴾

63. Ni Yo Nyenimpfunguruzo z'ibigega vy'amajuru n'isi, Igomororera muri vyo uwo Ishatse mu biremwa. Abagararije bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, abo ni bo rero bahomvye mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa.

لَّهُۥ مَقَالِيدُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۗ وَٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ أُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْخَٰسِرُونَ ﴿٦٣﴾

64. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Mbega mwa bijuju mwe! Karashize ingani muntegeke kwiyegereza mu vyo nkora vyose mu gusenga ikitari Imana Allah, kandi ari Yo Ikwiye gusengwa Itabangikanijwe!".

قُلْ أَفَغَيْرَ ٱللَّهِ تَأْمُرُوٓنِّىٓ أَعْبُدُ أَيُّهَا ٱلْجَٰهِلُونَ ﴿٦٤﴾

65. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, wahishuriwe n'Imana Allah nk'uko Intumwa zo hambere yawe zahishuriwe; ko niwaramuka uhirahiye ukabangikanya Imana Allah n'ibiremwa, ibikorwa vyawe vyose bizocika impfagusa; kandi ni ukuri, uzoba uri mu bahomvye mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa[1];

وَلَقَدْ أُوحِيَ إِلَيْكَ وَإِلَى ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِكَ لَئِنْ أَشْرَكْتَ لَيَحْبَطَنَّ عَمَلُكَ وَلَتَكُونَنَّ مِنَ ٱلْخَٰسِرِينَ ﴿٦٥﴾

66. Ahubwo rero nyabuna, niwiyegereze Imana Allah mu vyo ukora vyose unayisenge ari Imwe Rudende, weze n'ivyo ukora vyose ku bwayo, wongere ube no mu bashima inema zayo.

بَلِ ٱللَّهَ فَٱعْبُدْ وَكُن مِّنَ ٱلشَّٰكِرِينَ ﴿٦٦﴾

67. Ababangikanyamana, ntibigeze baha namba Imana Allah icubahiro kiyikwiye mu kuyibangikanya n'ibiremwa, mu gihe ari Yo Nyenubushobozi; isi yose ku musi w'izuka izoba iri mu gipfunsi cayo; amajuru na yo azingwazingwe akonywakonywerezwe mu kuryo kwayo. Nihaninahazwe rero Imana Allah, Yongere Ihabwe n'icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayibangikanya;

وَمَا قَدَرُوا۟ ٱللَّهَ حَقَّ قَدْرِهِۦ وَٱلْأَرْضُ جَمِيعًا قَبْضَتُهُۥ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ وَٱلسَّمَٰوَٰتُ مَطْوِيَّٰتٌۢ بِيَمِينِهِۦ ۚ سُبْحَٰنَهُۥ وَتَعَٰلَىٰ عَمَّا يُشْرِكُونَ ﴿٦٧﴾

68. Inzamba yo guhonya ibiremwa rero izovuzwa, maze ibiremwa vyose biri mu majuru no mw'isi bihonere rimwe, kiretse ivyo Imana Allah Izoshaka ko bidashoka bihwera. Mu nyuma, hazovuzwa inzamba igira kabiri yo kuzura ibiremwa, ubwo nyene ibiremwa vyose bice bizukuruka mu kuzimu vyirabira ico Imana Allah Igiye kubigirira!

وَنُفِخَ فِى ٱلصُّورِ فَصَعِقَ مَن فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَن فِى ٱلْأَرْضِ إِلَّا مَن شَآءَ ٱللَّهُ ۖ ثُمَّ نُفِخَ فِيهِ أُخْرَىٰ فَإِذَا هُمْ قِيَامٌ يَنظُرُونَ ﴿٦٨﴾

69. Isi rero izoheza iboneshwe n'umuco w'Imana yayo Rurema Allah, igihe Yigaragaje mu gutunganiriza ibiremwa, maze abamalayika bace bugurura igitabu c'umwumwe wese muri vyo; Abavugishwamana na bo hamwe n'ivyabona vyagiriza umugwi wose w'abantu, baheze barengutswe kugira bagirize umugwi umwumwe w'abantu; maze Imana Allah Ibacire urugororotse vy'ukuri, eka ntibazorenganywa namba.

وَأَشْرَقَتِ ٱلْأَرْضُ بِنُورِ رَبِّهَا وَوُضِعَ ٱلْكِتَٰبُ وَجِا۟ىٓءَ بِٱلنَّبِيِّـۧنَ وَٱلشُّهَدَآءِ وَقُضِىَ بَيْنَهُم بِٱلْحَقِّ وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ ﴿٦٩﴾

70. Umuntu wese rero, azoheza ahabwe indishi ikwiranye n'ivyo yakoze; indishi nziza ku ciza canke indishi mbi ku kibi. Burya rero Imana Allah, ni Yo Izi neza ivyo bagira kw'isi, Izobibahembera.

وَوُفِّيَتْ كُلُّ نَفْسٍ مَّا عَمِلَتْ وَهُوَ أَعْلَمُ بِمَا يَفْعَلُونَ ﴿٧٠﴾

71. Abagararije Imana Allah n'Intumwa zayo, bazoshorerwa gusunurirwa mu muriro wa Jahannamu bari mu migwimigwi; bagize ngo barawushikiriye, abamalayika bawucungera bace babugururira imiryango yawo indwi, maze bababwire n'agashinyaguro n'akantu bati: "Mbega ntuze! Ntimwashikiriwe n'Intumwa zirungitswe muri

وَسِيقَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ إِلَىٰ جَهَنَّمَ زُمَرًا ۖ حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءُوهَا فُتِحَتْ أَبْوَٰبُهَا وَقَالَ لَهُمْ خَزَنَتُهَآ أَلَمْ يَأْتِكُمْ رُسُلٌ مِّنكُمْ

[1] Kuko ata gikorwa na kimwe c'umubangikanyamana cemerwa mu gihe ataravavanura n'ibangikanyamana ngo yigaye atarapfa.

يَتْلُونَ عَلَيْكُمْ ءَايَٰتِ رَبِّكُمْ وَيُنذِرُونَكُمْ لِقَآءَ يَوْمِكُمْ هَٰذَا ۚ قَالُوا۟ بَلَىٰ وَلَٰكِنْ حَقَّتْ كَلِمَةُ ٱلْعَذَابِ عَلَى ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٧١﴾

mwebwe nyene, zibasomera Aayah z'Imana yanyu Rurema Allah, zikanabagabisha ku bihano muzohura na vyo kuri uno musi?". Bace bishura bemanga bati: "Ego cane! Zaradushikiriye, ziranadushikiriza ubutumwa bw'Imana Allah, ariko rero twamaze kwagirwa n'ijambo ry'Imana Allah, aho Yasezeraniye ibihano abagarariji".

قِيلَ ٱدْخُلُوٓا۟ أَبْوَٰبَ جَهَنَّمَ خَٰلِدِينَ فِيهَا ۖ فَبِئْسَ مَثْوَى ٱلْمُتَكَبِّرِينَ ﴿٧٢﴾

72. Abagararije ko Imana Allah ari Yo Ikwiye gusengwa vy'ukuri, bazoheza babwirwe n'agasuzuguro n'akantu bati: "Dagamba muce ng'aha, muheze mwinjire mu miryango y'umuriro wa Jahannamu, muzowubamwo ibihe bidahera. Iryo rero, ni ryo cumbi ribi cane ry'abagira amanyama mu kutemera Imana Allah".

وَسِيقَ ٱلَّذِينَ ٱتَّقَوْا۟ رَبَّهُمْ إِلَى ٱلْجَنَّةِ زُمَرًا ۖ حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءُوهَا وَفُتِحَتْ أَبْوَٰبُهَا وَقَالَ لَهُمْ خَزَنَتُهَا سَلَٰمٌ عَلَيْكُمْ طِبْتُمْ فَٱدْخُلُوهَا خَٰلِدِينَ ﴿٧٣﴾

73. Abagamburukiye Imana yabo Rurema Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, bazotwarwa bajanwe mu Bwami bw'ijuru bari mu migwimigwi, bagize ngo barabushikiriye, bace bugururirwa imiryango yabwo ngo binjire, abamalayika babarindiranye igishika kuri nya Bwami, babahe ikaze n'akamwemwe n'akantu bati: "Nimugire amahoro, kaze murisanze, muragahorana urweze, iteka n'itekane! Murahawe ikaze rero mu Bwami bw'ijuru, muzobubamwo ibihe bidahera";

وَقَالُوا۟ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ ٱلَّذِى صَدَقَنَا وَعْدَهُۥ وَأَوْرَثَنَا ٱلْأَرْضَ نَتَبَوَّأُ مِنَ ٱلْجَنَّةِ حَيْثُ نَشَآءُ ۖ فَنِعْمَ أَجْرُ ٱلْعَٰمِلِينَ ﴿٧٤﴾

74. Bazoheza bavuge bakura ubwatsi bati: "Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, Yo Yaduhaye isezerano ryayo ry'ukuri twashikirijwe n'Intumwa zayo, Iraheza Irarishitsa, Ituraga isi y'Ubwami bw'ijuru, aho twishira tukizana aho hose dushaka muri Bwo. Iyo rero, ni yo ndishi y'abagwaneza mw'igamburukiramana".

وَتَرَى ٱلْمَلَٰٓئِكَةَ حَآفِّينَ مِنْ حَوْلِ ٱلْعَرْشِ يُسَبِّحُونَ بِحَمْدِ رَبِّهِمْ ۚ وَقُضِىَ بَيْنَهُم بِٱلْحَقِّ ۚ وَقِيلَ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٧٥﴾

75. Ntumwa y'Imana! Kuri uwo musi rero, uzobona abamalayika bakikuje ubuhangamo bwa Nyenimpuhwe, baninahaza mu gushimagiza Imana yabo Rurema Allah, maze Imana Allah Icire urugororotse vy'ukuri ibiremwa vyayo, abemeramana baje mu Bwami bw'ijuru, abagarariji na bo baje mu muriro udahera, haheze havugwe hashimirwa Imana Allah ngo: "Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose".

40. Ghaafir (Umubabariravyaha)
Aayah 85, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

حمٓ ﴿١﴾

1. Haa Miim[1].

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'Igisomwa Al-Baqara.

تَنزِيلُ ٱلْكِتَٰبِ مِنَ ٱللَّهِ ٱلْعَزِيزِ ٱلْعَلِيمِ ﴿٢﴾

2. Ihishurwa ry'iki Gitabu ca Qor'ani, ryavuye ku Mana Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora;

غَافِرِ ٱلذَّنۢبِ وَقَابِلِ ٱلتَّوْبِ شَدِيدِ ٱلْعِقَابِ ذِى ٱلطَّوْلِ ۖ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ۖ إِلَيْهِ ٱلْمَصِيرُ ﴿٣﴾

3. Ibabarira ivyaha vy'abanyavyaha, Ikakira n'ukwigaya kw'abigaya; Igahana Igahasha abubahutse gukora ivyaha hanyuma ntibigaye, Nyenimpano ku baja bayo bayumvira, nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Yo, ni kuri Yo rero ibiremwa vyose bizosubizwa ku musi w'iharurirwa, kugira Ihembe kimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye.

مَا يُجَٰدِلُ فِىٓ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ إِلَّا ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ فَلَا يَغْرُرْكَ تَقَلُّبُهُمْ فِى ٱلْبِلَٰدِ ﴿٤﴾

4. Nta wuharira ku bijanye na Aayah za Qor'ani n'ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, kiretse abagararije ko Allah ari Yo Mana Ikwiye gusengwa vy'ukuri. Ntumwa y'Imana! Ntugahendwe rero ngo ukangwe n'ukwishira n'ukwizana kwabo mu rudandazwa, hamwe rero no kworoherwa mu bihendamaso vy'isi;

كَذَّبَتْ قَبْلَهُمْ قَوْمُ نُوحٍ وَٱلْأَحْزَابُ مِنۢ بَعْدِهِمْ ۖ وَهَمَّتْ كُلُّ أُمَّةٍۭ بِرَسُولِهِمْ لِيَأْخُذُوهُ ۖ وَجَٰدَلُوا۟ بِٱلْبَٰطِلِ لِيُدْحِضُوا۟ بِهِ ٱلْحَقَّ فَأَخَذْتُهُمْ ۖ فَكَيْفَ كَانَ عِقَابِ ﴿٥﴾

5. Hambere y'abo bagarariji, abantu barungikiwe Nuhu hamwe n'abaje mu nyuma zabo; nka Bene Aadi na Bene Thamuudi, barahakanye bivuye inyuma Intumwa barungikiwe, maze biha kuzigeramira, bacurika imitwe hamwe mu ntumbero yo kuzihana harimwo no kuzica, umugwi wose muri bo uraheza utegura umugambi wo gufata Intumwa yawo ngo uyice, baraheza baraharira bitwaje ikinyoma, kugira ngo nya kinyoma gitsinde ukuri, Nca Ndabashikura Ndabahana. Ntumwa y'Imana! Ehe raba rero ukuntu Nabahaye ibihano bikaze vyobera inkebuzo ibiremwa bindi bizoza mu nyuma!

وَكَذَٰلِكَ حَقَّتْ كَلِمَتُ رَبِّكَ عَلَى ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ أَنَّهُمْ أَصْحَٰبُ ٱلنَّارِ ﴿٦﴾

6. Ni nk'uko nyene rero - Twahanye imigwi y'abagararije Intumwa aho hambere - ijambo ry'Imana yawe Rurema Allah ryo guhana abagararije, rija mu ngiro mu kuba ari abantu bo mu muriro.

ٱلَّذِينَ يَحْمِلُونَ ٱلْعَرْشَ وَمَنْ حَوْلَهُۥ يُسَبِّحُونَ بِحَمْدِ رَبِّهِمْ وَيُؤْمِنُونَ بِهِۦ وَيَسْتَغْفِرُونَ لِلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ۖ رَبَّنَا وَسِعْتَ كُلَّ شَىْءٍ رَّحْمَةً وَعِلْمًا فَٱغْفِرْ لِلَّذِينَ تَابُوا۟ وَٱتَّبَعُوا۟ سَبِيلَكَ وَقِهِمْ عَذَابَ ٱلْجَحِيمِ ﴿٧﴾

7. Abamalayika bareruye ubuhangamo bwa Nyenimpuhwe "Arshi" bari kumwe n'abandi bamalayika babukikuje, baninahaza Imana yabo Rurema Allah mu kuyishimagiza mu buryo buberanye n'icubahiro cayo, bakayemera vy'ukuri, bagasabira imbabazi abemeramana, bavuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Impuhwe n'ubumenyi vyawe bikwiriye ikintu cose Waremye; kubera ivyo rero, Gumiriza akabanga maze Ubabarire abigaya ku vyaha vyabo bakanakurikira n'inzira yawe y'ubwislamu, Uheze Ubakingire n'ibihano vy'umuriro ururumba wa Jahannamu;

رَبَّنَا وَأَدْخِلْهُمْ جَنَّٰتِ عَدْنٍ ٱلَّتِى وَعَدتَّهُمْ وَمَن صَلَحَ مِنْ ءَابَآئِهِمْ وَأَزْوَٰجِهِمْ وَذُرِّيَّٰتِهِمْ ۚ إِنَّكَ أَنتَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٨﴾

8. Mana yacu Rurema Allah! Turagusavye ko Ubinjiza mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni" Wabasezeraniye, bo hamwe n'aberanda muri ba se babo, abakenyezi babo n'uruvyaro rwabo. Mu vy'ukuri, ni Wewe Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ukora;

9. Bakingire n’inkurikizi mbi y’ibicumuro vyabo, Ntubibahanire. Uwo wese rero Ukingiye inkurikizi mbi y’ibicumuro ku musi w’iharurirwa ry’ibiremwa, ni ukuri Uba Wamugiriye impuhwe zo kumukiza ibihano vyawe; iyo, ni na yo ntsinzi ihambaye”.

وَقِهِمُ ٱلسَّيِّـَٔاتِۚ وَمَن تَقِ ٱلسَّيِّـَٔاتِ يَوۡمَئِذٖ فَقَدۡ رَحِمۡتَهُۥۚ وَذَٰلِكَ هُوَ ٱلۡفَوۡزُ ٱلۡعَظِيمُ ٩

10. Mu vy’ukuri, abagararije ko Allah ari Yo Mana Ikwiye gusengwa vy’ukuri maze bakayibangikanya, igihe babonye intureka z’umuriro udahera, bazokwiyanka nya kwiyanka, maze abamalayika bawucungereye babahamagare bati: “Urwanko Imana Allah Yabanse mukiri kw’isi, igihe murarikirwa kuyemera hamwe n’Intumwa zayo mukagarariza, ruruta urwanko mwiyanka aho muboneye ibihano”.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ يُنَادَوۡنَ لَمَقۡتُ ٱللَّهِ أَكۡبَرُ مِن مَّقۡتِكُمۡ أَنفُسَكُمۡ إِذۡ تُدۡعَوۡنَ إِلَى ٱلۡإِيمَٰنِ فَتَكۡفُرُونَ ١٠

11. Abagarariji rero bazovuga bati: “Mana yacu Rurema Allah! Watwishe incuro zibiri[1], Udusubiza n’ubuzima incuro zibiri nyene[2]; ubu rero turemanze ivyaha vyacu twakoze; mbega none, nta kuntu twoshobora kuva mu muriro udahera, maze tugasubira kw’isi tugaheza tukakwumvira!”. Ico gihe rero, ukwemanga kw’ivyaha vyabo nta co kuzobamarira;

قَالُواْ رَبَّنَآ أَمَتَّنَا ٱثۡنَتَيۡنِ وَأَحۡيَيۡتَنَا ٱثۡنَتَيۡنِ فَٱعۡتَرَفۡنَا بِذُنُوبِنَا فَهَلۡ إِلَىٰ خُرُوجٖ مِّن سَبِيلٖ ١١

12. Bagarariji! Ivyo bihano mubihawe kuko mwararikiwe ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, mugaheza mukeza n’ivyo mugira vyose ku bwayo, mukagarariza; n’iyo Ibangikanijwe n’ikindi kintu, mwaraheza mukacemera mukagikurikira. Ingingo yose rero ikwiye kwubahirizwa, ni iy’Imana Allah, Nyenicubahiro-ntangere, Nyenubukuru.

ذَٰلِكُم بِأَنَّهُۥٓ إِذَا دُعِيَ ٱللَّهُ وَحۡدَهُۥ كَفَرۡتُمۡۖ وَإِن يُشۡرَكۡ بِهِۦ تُؤۡمِنُواْۚ فَٱلۡحُكۡمُ لِلَّهِ ٱلۡعَلِيِّ ٱلۡكَبِيرِ ١٢

13. Bantu! Imana Allah, ni Yo Ibereka ivyemezo vyayo vyerekana ubushobozi bwayo, Ikabaronsa n’ibibabeshaho mu kubamanurira imvura izananye mu kirere; nta n’uwibuka ibi vyemezo, kiretse uwugaruka kuri Yo, akayitumbera mu vyo akora vyose.

هُوَ ٱلَّذِي يُرِيكُمۡ ءَايَٰتِهِۦ وَيُنَزِّلُ لَكُم مِّنَ ٱلسَّمَآءِ رِزۡقٗاۚ وَمَا يَتَذَكَّرُ إِلَّا مَن يُنِيبُ ١٣

14. Bemeramana! Nimwiyegereze rero Imana Allah mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende, mweze n’ivyo mugira vyose ku bwayo n’aho vyoshavuza abagarariji.

فَٱدۡعُواْ ٱللَّهَ مُخۡلِصِينَ لَهُ ٱلدِّينَ وَلَوۡ كَرِهَ ٱلۡكَٰفِرُونَ ١٤

15. Imana Allah, ni Yo Nyenicubahiro kirengeye vyose mu biremwa, Nyenubuhangamo buhambaye buri hejuru ya vyose. Ku mpuhwe zayo ku baja bayo, Ibarungikira Intumwa ziza kubashikiriza ihishurwa ryayo ry’amabwirizwa, riha ubuzima bw’umushaha uwo Imana

رَفِيعُ ٱلدَّرَجَٰتِ ذُو ٱلۡعَرۡشِ يُلۡقِي ٱلرُّوحَ مِنۡ أَمۡرِهِۦ عَلَىٰ مَن يَشَآءُ مِنۡ عِبَادِهِۦ لِيُنذِرَ يَوۡمَ ٱلتَّلَاقِ ١٥

[1] Igihe twari tukiri intanga tutarahuhirwamwo inkomoko y’ubuzima “Roho”, n’igihe ikiringo co kubaho kwacu kw’isi kirangiriye.

[2] Igihe duhuhiriwemwo inkomoko y’ubuzima “Roho” tukabaho kw’isi, n’igihe dusubirijwe ubuzima tukazuka.

Allah Ishatse muri bo, maze nya Ntumwa zikabagabisha ku bihano vyo ku musi ibiremwa vyose vyahuriye hamwe;

يَوْمَ هُم بَٰرِزُونَۖ لَا يَخْفَىٰ عَلَى ٱللَّهِ مِنْهُمْ شَىْءٌۚ لِّمَنِ ٱلْمُلْكُ ٱلْيَوْمَۖ لِلَّهِ ٱلْوَٰحِدِ ٱلْقَهَّارِ ﴿١٦﴾

16. Ku musi w'izuka, aho ibiremwa vyose bizoseruka imbere y'Imana Allah. Kuri uwo musi, nta na kimwe kizoba kinyegejwe kuri Yo mu vyerekeye ibiremwa, Imana Allah Izoheza Ivuge Iti: "Ubwami nya bwami kuri uno musi, ni ubwa nde!". Izokwiyishura Iti: "Ni ubw'Imana Allah Nyarudende, Nyeninkomezi-ntangere;

ٱلْيَوْمَ تُجْزَىٰ كُلُّ نَفْسٍۭ بِمَا كَسَبَتْۚ لَا ظُلْمَ ٱلْيَوْمَۚ إِنَّ ٱللَّهَ سَرِيعُ ٱلْحِسَابِ ﴿١٧﴾

17. Kuri uyu musi rero, umuntu uwo ari we wese ahemberwa ivyo yarondeye kw'isi; impembo nziza ku ciza canke impembo mbi ku kibi. Kuri uyu musi rero, nta n'umwe arenganywa mu kurengerezwa urugero rw'ibihano canke mu kugabanywa indishi". Mu vy'ukuri Imana Allah, Iranyarutsa mu guharurira no mu guhemba ibiremwa.

وَأَنذِرْهُمْ يَوْمَ ٱلْـَٔازِفَةِ إِذِ ٱلْقُلُوبُ لَدَى ٱلْحَنَاجِرِ كَٰظِمِينَۚ مَا لِلظَّٰلِمِينَ مِنْ حَمِيمٍ وَلَا شَفِيعٍ يُطَاعُ ﴿١٨﴾

18. Ntumwa y'Imana! Gabisha abantu ku bihano vyo ku musi w'izuka uri hafi kugera, igihe imishaha y'ibiremwa izohababuka igahakwa kubivamwo ikabigera mu muhogo, vyishwe n'agahinda hamwe n'intuntu n'akantu. Abirenganije mw'igarariza, ntibazoronka umugenzi canke incuti, eka nta n'uwubavugira bazoronka yobavugira ku Mana Allah ngo yumvirwe.

يَعْلَمُ خَآئِنَةَ ٱلْأَعْيُنِ وَمَا تُخْفِى ٱلصُّدُورُ ﴿١٩﴾

19. Imana Allah Irazi neza agahemo k'amaso, Irazi n'ibihishijwe mu mishaha; yaba ineza canke inabi;

وَٱللَّهُ يَقْضِى بِٱلْحَقِّۖ وَٱلَّذِينَ يَدْعُونَ مِن دُونِهِۦ لَا يَقْضُونَ بِشَىْءٍۗ إِنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْبَصِيرُ ﴿٢٠﴾

20. Kandi Imana Allah, Icira urutunganye vy'ukuri ibiremwa. Nayo ibigirwamana bisengwa mu gishingo cayo, nta na kimwe bishoboye gutunganya mu bijanye no gucira imanza ibiremwa. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Nyenukwumva, Irumva ibivugwa n'ibiremwa; Nyenukubona, Irabona neza ivyo bikora, Izobibihembera.

۞أَوَلَمْ يَسِيرُواْ فِى ٱلْأَرْضِ فَيَنظُرُواْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلَّذِينَ كَانُواْ مِن قَبْلِهِمْۚ كَانُواْ هُمْ أَشَدَّ مِنْهُمْ قُوَّةً وَءَاثَارًا فِى ٱلْأَرْضِ فَأَخَذَهُمُ ٱللَّهُ بِذُنُوبِهِمْ وَمَا كَانَ لَهُم مِّنَ ٱللَّهِ مِن وَاقٍ ﴿٢١﴾

21. Ntumwa y'Imana! Mbega abahakanyi batigera bakwemera, ntibaragendagenda kw'isi ngo birabire ukuntu iherezo ry'abahakanyi b'aho hambere yabo, ryagenze! Abari aho, bari bafise ingabo n'inguvu nyinshi kubarusha, basize n'ibisigarira bigizwe n'inyubakwa n'ibindi vyerekana ko bari bahambaye kubasumba; ivyo vyose rero, nta co vyabamariye hageze guhanwa. Ni ho rero Imana Allah, Yabashikura Ikababahanira ivyaha vyabo, eka ntibanaronse uwubakingira ibihano vy'Imana Allah.

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ كَانَت تَّأْتِيهِمْ رُسُلُهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ فَكَفَرُواْ فَأَخَذَهُمُ ٱللَّهُۚ إِنَّهُۥ قَوِىٌّ شَدِيدُ ٱلْعِقَابِ ﴿٢٢﴾

22. Ivyo bihano rero vyahawe abahakanyi b'aho hambere, kuko bashikiriwe n'Intumwa z'Imana, zaje zibangikanije ivyemezo vyerekana ukuri kwazo, baraheza barazihakana bivuye inyuma, Imana Allah Ica Irabashikura Irabahana.

Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyeninguvu, Irahana Igahasha uwo wese ayigarariza.

23. Ni ukuri, Twaranarungikanye Musa ivyemezo vya Aayah zacu hamwe n'icemezo kigaragaza ko Imana Allah ari Imwe Rudende;

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَا مُوسَىٰ بِـَٔايَـٰتِنَا وَسُلْطَـٰنٍ مُّبِينٍ ﴿٢٣﴾

24. Twamurungitse kwa Firawuni wa Misiri, Haamaana na Qaaruuni, maze baca bavuga bamirira kure ubutumwa bwiwe n'amanyama n'akantu bati: "Musa, ni umurozi akaba n'umukonikoni w'umubeshi ruhebwa".

إِلَىٰ فِرْعَوْنَ وَهَـٰمَـٰنَ وَقَـٰرُونَ فَقَالُوا۟ سَـٰحِرٌ كَذَّابٌ ﴿٢٤﴾

25. Igihe rero Musa yazana ibitangaro vy'ukuri bivuye iwacu Twebwe Allah, ntibamuhakanye ngo bamurwanye gusa, ahubwo barinamuye bavuga bati: "Nimwice abana bose b'ababungu bavyarwa n'abemeye Musa, muheze musigaze abakobwa babo tuzobagire abajakazi bacu". Burya, gukoresha urwenge kw'abagarariji mu kurwanya idini, nta co kubagezako kiretse uguhona n'ubuhuvyi.

فَلَمَّا جَآءَهُم بِٱلْحَقِّ مِنْ عِندِنَا قَالُوا۟ ٱقْتُلُوٓا۟ أَبْنَآءَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ مَعَهُۥ وَٱسْتَحْيُوا۟ نِسَآءَهُمْ ۚ وَمَا كَيْدُ ٱلْكَـٰفِرِينَ إِلَّا فِى ضَلَـٰلٍ ﴿٢٥﴾

26. Firawuni yavuze abwira abunganizi biwe ati: "Nkundira mundeke nice Musa, maze aheze yambaze Imana yiwe Rurema Yamurungitse, Iheze Imutabare; mu vy'ukuri jewe, mfise ubwoba n'impungenge ko yohindura idini ryanyu mukamukurikira, canke agakwiragiza ubwononyi mu gihugu ca Misiri".

وَقَالَ فِرْعَوْنُ ذَرُونِىٓ أَقْتُلْ مُوسَىٰ وَلْيَدْعُ رَبَّهُۥٓ ۖ إِنِّىٓ أَخَافُ أَن يُبَدِّلَ دِينَكُمْ أَوْ أَن يُظْهِرَ فِى ٱلْأَرْضِ ٱلْفَسَادَ ﴿٢٦﴾

27. Musa yabwiye Firawuni n'abunganizi biwe ati: "Jewe mu vy'ukuri, nikinze ku Mana yanje Ikaba ari na Yo Mana yanyu Rurema Allah, ndayisaba ko Inkingira igeramirwa ry'uwo wese agira amanyama mu kutemera Imana Imwe Rudende Allah, atanemera n'umusi w'iharurirwa ry'ibiremwa".

وَقَالَ مُوسَىٰٓ إِنِّى عُذْتُ بِرَبِّى وَرَبِّكُم مِّن كُلِّ مُتَكَبِّرٍ لَّا يُؤْمِنُ بِيَوْمِ ٱلْحِسَابِ ﴿٢٧﴾

28. Ni ho rero umwemeramana umwe mu bantu ba Firawuni, yahisha ukwemera kwiwe, yavuga ati: "Ubwo nyene murakanagaye mwice umuntu w'inzirakarengane, mumuhora gusa kuba avuze ati: "Imana yanje Rurema ni Allah", kandi yanabazaniye ivyemezo bivuye ku Mana yanyu Rurema Allah, vyerekana ukuri kwiwe! Musa rero niyaba abesha biramusha, kuko bizomugarukako. Niyaba naho ari imvugakuri, nta kibuza ko muzoshikirwa na bimwe mu vyo abagabishako. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntishoboza kurongoka mu nzira yayo, uwimonogoje mu bugarariji, akagenzwa n'ubwononyi kw'isi, akaba n'umubeshi ruhebwa;

وَقَالَ رَجُلٌ مُّؤْمِنٌ مِّنْ ءَالِ فِرْعَوْنَ يَكْتُمُ إِيمَـٰنَهُۥٓ أَتَقْتُلُونَ رَجُلًا أَن يَقُولَ رَبِّىَ ٱللَّهُ وَقَدْ جَآءَكُم بِٱلْبَيِّنَـٰتِ مِن رَّبِّكُمْ ۖ وَإِن يَكُ كَـٰذِبًا فَعَلَيْهِ كَذِبُهُۥ ۖ وَإِن يَكُ صَادِقًا يُصِبْكُم بَعْضُ ٱلَّذِى يَعِدُكُمْ ۖ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَهْدِى مَنْ هُوَ مُسْرِفٌ كَذَّابٌ ﴿٢٨﴾

29. Bantu banje! Ndemera cane ko uno musi mufise inganji y'ubwami bwo gucinyiza Bene Israyeri n'abandi banyagihugu bo muri Misiri; none aho bukera, ni nde azodukingira ibihano vy'Imana Allah, igihe vyadushikiye!". Firawuni yabwiye abari ng'aho yishura ati: "Bantu muri

يَـٰقَوْمِ لَكُمُ ٱلْمُلْكُ ٱلْيَوْمَ ظَـٰهِرِينَ فِى ٱلْأَرْضِ فَمَن يَنصُرُنَا مِنۢ بَأْسِ ٱللَّهِ إِن

ng'aha! Nta co nobahanura gukora, kiretse ico nanje nyene mbona ko kibereye; kandi sindabarongora, kiretse mu nzira nziza ibereye y'ubugororotsi";

جَآءَنَا ۚ قَالَ فِرْعَوْنُ مَآ أُرِيكُمْ إِلَّا مَآ أَرَىٰ وَمَآ أَهْدِيكُمْ إِلَّا سَبِيلَ ٱلرَّشَادِ ﴿٢٩﴾

30. Maze wa mwemeramana mu bantu ba Firawuni, yishura ahanura yongera agabisha ati: "Jewe mu vy'ukuri, mfise ubwoba n'impungenge, ko mu gihe mwohirahira mukica Musa, mwoshikirwa n'ibihano nk'ivyashikiye imigwi y'abiyunze mu kurwanya Intumwa;

وَقَالَ ٱلَّذِىٓ ءَامَنَ يَٰقَوْمِ إِنِّىٓ أَخَافُ عَلَيْكُم مِّثْلَ يَوْمِ ٱلْأَحْزَابِ ﴿٣٠﴾

31. Nk'uko vyagendeye abantu ba Nuhu, Bene Aadi, Bene Thamuudi, hamwe rero n'ababakurikiye mu nyuma mu bugarariji, abo bose rero, Imana Allah Yarabahoneje. Burya Imana Allah, ntishaka namba kurenganya abaja bayo ngo Ibahanire icaha batakoze;

مِثْلَ دَأْبِ قَوْمِ نُوحٍ وَعَادٍ وَثَمُودَ وَٱلَّذِينَ مِنۢ بَعْدِهِمْ ۚ وَمَا ٱللَّهُ يُرِيدُ ظُلْمًا لِّلْعِبَادِ ﴿٣١﴾

32. Bantu banje! Jewe mu vy'ukuri, ndatinya ko mwoshikirwa n'ibihano vyo ku musi w'izuka, igihe abantu bazohamagarana hagati yabo bivuye ku ntureka z'uwo musi;

وَيَٰقَوْمِ إِنِّىٓ أَخَافُ عَلَيْكُمْ يَوْمَ ٱلتَّنَادِ ﴿٣٢﴾

33. Umusi mwagenjeje umugongo muhunga, ntimuzoronka ababakingira ibihano vy'Imana Allah. Uwuzoteterezwa n'Imana Allah mu kutamushoboza kurongoka mu nzira yayo, ntazoronka n'umwe amurongora mu nzira yayo".

يَوْمَ تُوَلُّونَ مُدْبِرِينَ مَا لَكُم مِّنَ ٱللَّهِ مِنْ عَاصِمٍ ۗ وَمَن يُضْلِلِ ٱللَّهُ فَمَا لَهُۥ مِنْ هَادٍ ﴿٣٣﴾

34. Ni ukuri, mwararungikiwe Umuvugishwamana Yusufu mwene Yakubu (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah) imbere y'irungikwa rya Musa, yaje yibangikanije ivyemezo vyerekana ukuri kwiwe, araheza abararikira ukwemera n'ugusenga Imana Imwe Rudende Allah, ntimwaretse kuguma mu makenga ku vyo yabazaniye akiriho, muraheza murushirizaho kuyagira inyuma y'aho apfiriye; amaze gupfa, muca muvuga muti: "Mu vy'ukuri Imana Allah, ntizobarungikira iyindi Ntumwa mu nyuma ya Yusufu". Ni nk'iryo hubishwa rero, Imana Allah Ihubisha uwo wese yimonogoje mu bugarariji no mu kurenga ku mabwirizwa yayo, akamana amakenga mu kwemera ko Imana Allah ari Imwe Rudende.

وَلَقَدْ جَآءَكُمْ يُوسُفُ مِن قَبْلُ بِٱلْبَيِّنَٰتِ فَمَا زِلْتُمْ فِى شَكٍّ مِّمَّا جَآءَكُم بِهِۦ ۖ حَتَّىٰٓ إِذَا هَلَكَ قُلْتُمْ لَن يَبْعَثَ ٱللَّهُ مِنۢ بَعْدِهِۦ رَسُولًا ۚ كَذَٰلِكَ يُضِلُّ ٱللَّهُ مَنْ هُوَ مُسْرِفٌ مُّرْتَابٌ ﴿٣٤﴾

35. Abaharira ku bijanye na Aayah za Qor'ani n'ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, ata n'icemezo bahawe gishingiye ku bumenyi; abo rero, iharira ryabo rirashavuza cane Imana Allah, rigashavuza n'abemeramana. Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Idashoboza kurongoka ababaharira ku bijanye na Aayah zayo ata n'ubumenyi bafise - Itera ikimangu ku mutima w'uwo wese agira amanyama mu kutemera Imana Imwe Rudende Allah, akimonogoza no mu kurenganya abandi.

ٱلَّذِينَ يُجَٰدِلُونَ فِىٓ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ بِغَيْرِ سُلْطَٰنٍ أَتَىٰهُمْ ۖ كَبُرَ مَقْتًا عِندَ ٱللَّهِ وَعِندَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ۚ كَذَٰلِكَ يَطْبَعُ ٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ قَلْبِ مُتَكَبِّرٍ جَبَّارٍ ﴿٣٥﴾

36. Firawuni yavuze yiyamiriza Musa ati: “Ewe Haamaana! Enda nyabuna rero, nyubakira inyubakwa ndende (umunara), hari n’aho noronka inzira zinshikana ku co nshaka;

وَقَالَ فِرْعَوْنُ يَٰهَٰمَٰنُ ٱبْنِ لِي صَرْحًا لَّعَلِّيٓ أَبْلُغُ ٱلْأَسْبَٰبَ ﴿٣٦﴾

37. Inzira zinshikana mu majuru, kugira nirabire ko Imana ya Musa Ibaho. Mu vy’ukuri, ndibwira neza ko Musa abesha, ata mana yindi iri hejuru”. Ni nk’ukwo rero Firawuni yaryoherejwe ibikorwa vyiwe bibi akabibona ko ari vyiza, gutyo bimubuza gukurikira inzira y’ukuri; burya urwenge rwa Firawuni mu kurwanya ukuri, nta kindi rwari kumushikanako, kiretse agahombo no guhona.

أَسْبَٰبَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ فَأَطَّلِعَ إِلَىٰٓ إِلَٰهِ مُوسَىٰ وَإِنِّي لَأَظُنُّهُۥ كَٰذِبًا ۚ وَكَذَٰلِكَ زُيِّنَ لِفِرْعَوْنَ سُوٓءُ عَمَلِهِۦ وَصُدَّ عَنِ ٱلسَّبِيلِ ۚ وَمَا كَيْدُ فِرْعَوْنَ إِلَّا فِي تَبَابٍ ﴿٣٧﴾

38. Wa mwemeramana mu bantu ba Firawuni, yarongeye guhanura abantu biwe ati: “Emwe bantu banje! Enda rero nyabuna nimunkundire munkurikire, mpeze ndabarongore mu nzira ibereye y’ubugororotsi;

وَقَالَ ٱلَّذِيٓ ءَامَنَ يَٰقَوْمِ ٱتَّبِعُونِ أَهْدِكُمْ سَبِيلَ ٱلرَّشَادِ ﴿٣٨﴾

39. Bantu banje! Ni ukuri ubuzima bwo kw’isi, ni ubwo kuryoherwa n’ibihendamaso mu kanya gato hanyuma bugahera; mu gihe ubuzima bw’inyuma yo gupfa, ari bwo buzima bwo kuryoherwa n’ivyiza vyamaho ibihe bidahera;

يَٰقَوْمِ إِنَّمَا هَٰذِهِ ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَا مَتَٰعٌ وَإِنَّ ٱلْءَاخِرَةَ هِىَ دَارُ ٱلْقَرَارِ ﴿٣٩﴾

40. Abazokora ikibi uko kingana kwose rero, mu buzima bw’inyuma yo gupfa ntibazohabwa kiretse igihano kingana na nya kibi; nayo abazokora iciza gitegetswe uko kingana kwose, baba abahungu canke abakobwa, maze bakagikora ari abemeramana; abo, ni bo rero bazokwinjira mu Bwami bw’ijuru, aho bazoronswa ibibabeshaho ata kugererwa ngo baharurirwe;

مَنْ عَمِلَ سَيِّئَةً فَلَا يُجْزَىٰٓ إِلَّا مِثْلَهَا ۖ وَمَنْ عَمِلَ صَٰلِحًا مِّن ذَكَرٍ أَوْ أُنثَىٰ وَهُوَ مُؤْمِنٌ فَأُو۟لَٰٓئِكَ يَدْخُلُونَ ٱلْجَنَّةَ يُرْزَقُونَ فِيهَا بِغَيْرِ حِسَابٍ ﴿٤٠﴾

41. Emwe bantu banje! Bishoboka gute ko ndabararikira kwemera Imana Allah n’Intumwa yayo Musa, kugira muhabwe Ubwami bw’ijuru, na mwe mukandarikira gukora ibinjana mu muriro!

۞ وَيَٰقَوْمِ مَا لِيٓ أَدْعُوكُمْ إِلَى ٱلنَّجَوٰةِ وَتَدْعُونَنِىٓ إِلَى ٱلنَّارِ ﴿٤١﴾

42. Mundarikira kugarariza Imana Allah no kuyibangikanya n’ivyo ntafitiye ubumenyi, ko bikwiye gusengwa mu gishingo cayo, mu gihe jewe ndabararikira gukurikira inzira ibashikana ku Mana Allah Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazinyinshi;

تَدْعُونَنِى لِأَكْفُرَ بِٱللَّهِ وَأُشْرِكَ بِهِۦ مَا لَيْسَ لِى بِهِۦ عِلْمٌ وَأَنَا۠ أَدْعُوكُمْ إِلَى ٱلْعَزِيزِ ٱلْغَفَّٰرِ ﴿٤٢﴾

43. Ni ivy’ukuri rero, ko ivyo mundarikira kwemera, bidakwiye kurarikirwa ngo bisengwe, eka ntibinakwiye kwizerwa mu buzima bwo kw’isi no mu bw’inyuma yo gupfa, kuko ata co bishoboye. Nimumenye rero, ko ibiremwa twese tuzosubira ku Mana Allah, kugira Ihembere umwumwe wese ku vyo yakoze; mumenye n’uko, abimonogoje mu bugarariji, bakagenzwa n’ubwononyi bwo gusesa amaraso kw’isi, ari bo bantu bo mu muriro udahera”.

لَا جَرَمَ أَنَّمَا تَدْعُونَنِىٓ إِلَيْهِ لَيْسَ لَهُۥ دَعْوَةٌ فِى ٱلدُّنْيَا وَلَا فِى ٱلْءَاخِرَةِ وَأَنَّ مَرَدَّنَآ إِلَى ٱللَّهِ وَأَنَّ ٱلْمُسْرِفِينَ هُمْ أَصْحَٰبُ ٱلنَّارِ ﴿٤٣﴾

فَسَتَذْكُرُونَ مَآ أَقُولُ لَكُمْۚ وَأُفَوِّضُ أَمْرِيٓ إِلَى ٱللَّهِۚ إِنَّ ٱللَّهَ بَصِيرُۢ بِٱلْعِبَادِ ﴿٤٤﴾

44. Wa mwemeramana amaze kubahanura bakamwirengagiza, yababwiye ati: “Burya, bitebe bitebuke, muzokwibuka ko nabahanuye ata co mugikiza. Nayo jewe, ndikinze ku Mana Allah mu kuyishimikiza. Mu vy’ukuri, Imana Allah ni Nyenukubona, Irabona neza ibikorwa n’abaja bayo kandi Izobibahembera”.

فَوَقَىٰهُ ٱللَّهُ سَيِّـَٔاتِ مَا مَكَرُواْ وَحَاقَ بِـَٔالِ فِرْعَوْنَ سُوٓءُ ٱلْعَذَابِ ﴿٤٥﴾

45. Ni ho rero uyo mwemeramana mu bantu ba Firawuni, Imana Allah Yamukingira ubugizi bwa nabi bwa Firawuni n’abunganizi biwe, maze bahitanwa n’igihano kibi c’akataraboneka, co gusomeshwa nturi;

ٱلنَّارُ يُعْرَضُونَ عَلَيْهَا غُدُوًّا وَعَشِيًّاۚ وَيَوْمَ تَقُومُ ٱلسَّاعَةُ أَدْخِلُوٓاْ ءَالَ فِرْعَوْنَ أَشَدَّ ٱلْعَذَابِ ﴿٤٦﴾

46. Bashoka bahona. Hanyuma, aho bari mu kuzimu bacishwa mu bihano vy’umuriro igitondo n’umugoroba[1], no ku musi w’izuka ry’ibiremwa, abamalayika bacungereye umuriro bazobwirwa bati: “Nimushire abantu ba Firawuni mu bihano bikaze vyo mu muriro”.

وَإِذْ يَتَحَآجُّونَ فِي ٱلنَّارِ فَيَقُولُ ٱلضُّعَفَٰٓؤُاْ لِلَّذِينَ ٱسْتَكْبَرُوٓاْ إِنَّا كُنَّا لَكُمْ تَبَعًا فَهَلْ أَنتُم مُّغْنُونَ عَنَّا نَصِيبًا مِّنَ ٱلنَّارِ ﴿٤٧﴾

47. Igihe rero abantu bo mu muriro batanyeko imiragwe baharira hagati yabo, maze abapfuye gukurikira abandi, bakabwira indongozi zabo bakurikiye, zagira amanyama mu kutemera Imana Allah, bati: “Twebwe mu vy’ukuri, ni mwebwe twumviye kw’isi turabakurikira; aho none ga ntu, kuri uno musi ntimwoza tukabagerurira ku mutwaro wacu w’ibihano vyo mu muriro!”.

قَالَ ٱلَّذِينَ ٱسْتَكْبَرُوٓاْ إِنَّا كُلٌّ فِيهَآ إِنَّ ٱللَّهَ قَدْ حَكَمَ بَيْنَ ٱلْعِبَادِ ﴿٤٨﴾

48. Indongozi zabo bakurikiye, zagira amanyama mu kutemera Imana Allah, zizokwigovyora ziti: “Ntidushoboye namba kubaremurura umutwaro wanyu w’ibihano vyo mu muriro, kuko twese mu vy’ukuri turi muri vyo, mu vy’ukuri Imana Allah ku butungane bwayo, Yamaze guha umwumwe wese muri twebwe ibihano bikwiranye n’ivyo yakoze”.

وَقَالَ ٱلَّذِينَ فِي ٱلنَّارِ لِخَزَنَةِ جَهَنَّمَ ٱدْعُواْ رَبَّكُمْ يُخَفِّفْ عَنَّا يَوْمًا مِّنَ ٱلْعَذَابِ ﴿٤٩﴾

49. Abari mu muriro udahera rero, bose bazobwira abamalayika “Al-Zabaaniya” bacungereye Jahannamu babinginga bati: “Enda nimudusabire ku Mana yanyu Rurema Allah, maze Idutezurire mu bihano n’umusi n’umwe, duheze turuhuke na gato!”;

قَالُوٓاْ أَوَلَمْ تَكُ تَأْتِيكُمْ رُسُلُكُم بِٱلْبَيِّنَٰتِۖ قَالُواْ بَلَىٰۚ قَالُواْ فَٱدْعُواْۗ وَمَا دُعَٰٓؤُاْ ٱلْكَٰفِرِينَ إِلَّا فِي ضَلَٰلٍ ﴿٥٠﴾

50. Abamalayika bazobishura n’agashinyaguro n’akantu bati: “Mbega none, ntimwashikiriwe n’Intumwa zanyu mwarungikiwe, zikaza zibangikanije ivyemezo bitomoye, mukazihakana mwivuye inyuma!”. Na bo bazoheza bemange bati: “Ego cane zaradushikiriye!”. Ni ho ba bamalayika bazoca babiyama bati: “Kubera ivyo rero, twebwe ntiturota tubasabira, enda nimwisabire mwebwe nyene, ariko rero ntimwumvirwa ngo mutezurirwe kuko

[1] Iyi Aayah, ni icemezo gikwiye mu kwemeza ko ibihano vyo mu mva ari ivy’ukuri.

muri abagarariji, burya igisabisho c'abagarariji nta co kibashikanako, kiretse ko kiba impfagusa".

إِنَّا لَنَنصُرُ رُسُلَنَا وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا وَيَوْمَ يَقُومُ ٱلْأَشْهَٰدُ ﴿٥١﴾

51. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, ni ukuri Turatabara Intumwa zacu hamwe n'abemeramana bazikurikiye, Tukabatera n'intege mu kwiganzura ababageramiye mu buzima bwo kw'isi. Ku musi w'izuka naho, abamalayika, Abavugishwamana n'abemeramana bazoba ivyabona, ko abahakanye bashikirijwe koko ubutumwa, baraheza barabuhakana;

يَوْمَ لَا يَنفَعُ ٱلظَّٰلِمِينَ مَعْذِرَتُهُمْ ۖ وَلَهُمُ ٱللَّعْنَةُ وَلَهُمْ سُوٓءُ ٱلدَّارِ ﴿٥٢﴾

52. Umusi w'iharurirwa ry'ibiremwa rero, ivyireguzo vy'abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, nta co bizobamarira, baranagenewe ivumwe hamwe n'iherezo ribi mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَا مُوسَى ٱلْهُدَىٰ وَأَوْرَثْنَا بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ٱلْكِتَٰبَ ﴿٥٣﴾

53. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarahaye Musa uburongozi muri Tawurati hamwe n'ibitangaro bishikana ku kuri; Turanaraga Bene Israyeli Igitabu ca Tawurati bagenda bahererekana uruvyaro ku rundi;

هُدًى وَذِكْرَىٰ لِأُو۟لِى ٱلْأَلْبَٰبِ ﴿٥٤﴾

54. Kugira nya Gitabu kibarongore mu nzira nziza y'ubugororotsi, giheze kibere n'urwibutso incabwenge koko.

فَٱصْبِرْ إِنَّ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقٌّ وَٱسْتَغْفِرْ لِذَنۢبِكَ وَسَبِّحْ بِحَمْدِ رَبِّكَ بِٱلْعَشِىِّ وَٱلْإِبْكَٰرِ ﴿٥٥﴾

55. Ntumwa y'Imana! Niwirengagize rero ibangamira ry'ababangikanyamana, maze wihangane, uheze ushishikare irarikiramana, mu vy'ukuri isezerano ry'intsinzi wahawe n'Imana Allah, ni iry'ukuri; uheze usabe ikigongwe ku vyaha vyawe, wongere ushishikare kuninahaza mu gushimagiza Imana yawe Rurema Allah umugoroba n'igitondo.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يُجَٰدِلُونَ فِىٓ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ بِغَيْرِ سُلْطَٰنٍ أَتَىٰهُمْ إِن فِى صُدُورِهِمْ إِلَّا كِبْرٌ مَّا هُم بِبَٰلِغِيهِ ۚ فَٱسْتَعِذْ بِٱللَّهِ ۖ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْبَصِيرُ ﴿٥٦﴾

56. Mu vy'ukuri, abaharira ku bijanye na Aayah za Qor'ani n'ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, ni ukuri baharira mu ntumbero yo kuburagiza ukuri ata n'icemezo bahawe gishingiye ku bumenyi, nta kiri mu gikiriza cabo, kiretse amanyama yo guhonyanga ukuri bakubona, ku gusharika Umuvugishwamana Muhamadi kw'iteka ry'ubutumwa yahawe, ivyo bikaba ata co bizobashikanako. Ntumwa y'Imana! Niwikinge ku Mana Allah Igukingire ishari ryabo, mu vy'ukuri ni Yo Nyenukwumva, Irumva ivyo bavuga; Nyenukubona, Irabona neza ivyo bakora, Izobibahembera.

لَخَلْقُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ أَكْبَرُ مِنْ خَلْقِ ٱلنَّاسِ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٥٧﴾

57. Ni ukuri iremwa ry'amajuru n'isi, rirahambaye kuruta iremwa ry'abantu n'isubizwa ry'ubuzima bwabo bakazuka kandi baramaze guhwera, ariko rero abenshi mu bantu, ntibazi ko iremwa ry'ivyo vyose ryoroshe ku Mana Allah.

58. Nta ho vyakabaye ko impumyi n'uwubona bonganya ubutore. Ni nk'uko nyene rero abemeye ko Allah ari Imana Imwe Rudende Itabangikanywa, bakumvira n'Intumwa zayo, bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, ata ho banganiye mu butore n'abatemera ko Allah ari Imana Imwe Rudende, bagahakana n'Intumwa zayo, bakarenga no ku mabwirizwa yayo. Bantu! Burya ni gake mwibuka ivyemezo vy'Imana Allah, mukanyurwa.

وَمَا يَسْتَوِى ٱلْأَعْمَىٰ وَٱلْبَصِيرُ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَلَا ٱلْمُسِىٓـُٔ ۚ قَلِيلًا مَّا تَتَذَكَّرُونَ ﴿٥٨﴾

59. Bantu! Mu vy'ukuri isango ry'umuhero w'isi, vuba bwango rirashika nta gisivya. Nimuvyizere nk'uko mwabishikirijwe n'Intumwa kuko nta makenga arimwo. Ariko rero abenshi mu bantu, ntibemera ko umuhero w'isi ugiye gushika ngo baheze bawitegurire.

إِنَّ ٱلسَّاعَةَ لَءَاتِيَةٌ لَّا رَيْبَ فِيهَا وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿٥٩﴾

60. Bantu! Imana yanyu Rurema Allah Yavuze Iti: "Nimunsabe mutambangikanya na kimwe mu biremwa, maze Ndabahe ivyo musavye; mu vy'ukuri, abagira amanyama mu kuticisha bugufi ngo banyiyegereze mu vyo bakora banansenge Ndi Imana Imwe Rudende, bazokwinjira mu muriro wa Jahannamu basuzuguritse".

وَقَالَ رَبُّكُمُ ٱدْعُونِىٓ أَسْتَجِبْ لَكُمْ ۚ إِنَّ ٱلَّذِينَ يَسْتَكْبِرُونَ عَنْ عِبَادَتِى سَيَدْخُلُونَ جَهَنَّمَ دَاخِرِينَ ﴿٦٠﴾

61. Imana Allah, ni Yo Yabagiriye ijoro kuba umuzimagiza kugira mutururе muri ryo muheze muruhuke; Ibagirira n'umurango, kuba habona kugira murondere icorirenza mu mpano zayo. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyeningabirano zihambaye ku bantu, ariko rero abenshi muri bo ntibayishimira ngo bayiyegereze mu vyo bakora banayisenge ari Imwe Rudende.

ٱللَّهُ ٱلَّذِى جَعَلَ لَكُمُ ٱلَّيْلَ لِتَسْكُنُوا۟ فِيهِ وَٱلنَّهَارَ مُبْصِرًا ۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَذُو فَضْلٍ عَلَى ٱلنَّاسِ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَشْكُرُونَ ﴿٦١﴾

62. Uwabagiriye ivyo vyiza rero, ni Yo Mana yanyu Rurema Allah, Yaremye ibintu vyose, nta mana yindi ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Yo. None, ni gute muyibangikanya ha kuyisenga ari Imwe Rudende!

ذَٰلِكُمُ ٱللَّهُ رَبُّكُمْ خَٰلِقُ كُلِّ شَىْءٍ لَّآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ۖ فَأَنَّىٰ تُؤْفَكُونَ ﴿٦٢﴾

63. Bagarariji! Ni nk'uko nyene rero - mwahakanye ukuri mugahitamwo ikinyoma - abahakanye bivuye inyuma ivyemezo vy'Imana Allah, bahusha ukuri bagakurikira ikinyoma.

كَذَٰلِكَ يُؤْفَكُ ٱلَّذِينَ كَانُوا۟ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ يَجْحَدُونَ ﴿٦٣﴾

64. Imana Allah, ni Yo Yabagiriye isi kuba ubutururo bwanyu; Ibagirira n'ijuru riri hafi y'isi, kuba igisenge kibakingira; Iraheza Ibashirira muri nya juru ibimenyetso vy'inyenyeri bibazimurura; Ibarema mw'ishusho n'indemo vyiza bibereye, Ibaronsa n'ibibabeshaho vyiza birekuwe. Uwabagiriye ivyo vyiza vyose rero, ni Yo Mana yanyu Rurema Allah. Harakubahwa rero Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;

ٱللَّهُ ٱلَّذِى جَعَلَ لَكُمُ ٱلْأَرْضَ قَرَارًا وَٱلسَّمَآءَ بِنَآءً وَصَوَّرَكُمْ فَأَحْسَنَ صُوَرَكُمْ وَرَزَقَكُم مِّنَ ٱلطَّيِّبَٰتِ ۚ ذَٰلِكُمُ ٱللَّهُ رَبُّكُمْ ۖ فَتَبَارَكَ ٱللَّهُ رَبُّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٦٤﴾

65. Ni Yo Nyenubugingo budashira nk'uko buyikwiye, nta mana yindi ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Yo, nimuyiyegereze rero mu kuyisaba ari Imwe Rudende,

هُوَ ٱلْحَىُّ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ فَٱدْعُوهُ مُخْلِصِينَ لَهُ ٱلدِّينَ ۗ ٱلْحَمْدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٦٥﴾

mweza n'ivyo mugira vyose ku bwayo. Nihashimagizwe Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose.

۞قُلْ إِنِّي نُهِيتُ أَنْ أَعْبُدَ ٱلَّذِينَ تَدْعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ لَمَّا جَآءَنِيَ ٱلْبَيِّنَٰتُ مِن رَّبِّي وَأُمِرْتُ أَنْ أُسْلِمَ لِرَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٦٦﴾

66. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire ababangikanyamana uti: "Mu vy'ukuri jewe, nabujijwe n'Imana Allah gusenga ibigirwamana musenga mu gishingo cayo, inyuma y'aho maze gushikirwa n'ivyemezo bivuye ku Mana yanje Rurema Allah, kandi nategetswe kwicisha bugufi no kwumvira Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose;

هُوَ ٱلَّذِي خَلَقَكُم مِّن تُرَابٍ ثُمَّ مِن نُّطْفَةٍ ثُمَّ مِنْ عَلَقَةٍ ثُمَّ يُخْرِجُكُمْ طِفْلًا ثُمَّ لِتَبْلُغُوٓاْ أَشُدَّكُمْ ثُمَّ لِتَكُونُواْ شُيُوخًا ۚ وَمِنكُم مَّن يُتَوَفَّىٰ مِن قَبْلُ ۖ وَلِتَبْلُغُوٓاْ أَجَلًا مُّسَمًّى وَلَعَلَّكُمْ تَعْقِلُونَ ﴿٦٧﴾

67. Ni Yo Yaremye so Adamu mw'ivu; hanyuma abamwamutseko, Ibarema mw'ima ry'intanga umugabo asunikira mu gitereko c'umugore, maze nya ma rikibumba rikaba amaraso avuze; mu nyuma mugaheza mukagenda murakura bukebuke, gushika n'aho muvuka muri abana; hanyuma mukagenda murakura bukebuke gushika mugere mu bigero; hanyuma mukagera mu busaza. Muri mwebwe rero, hari n'abapfa imbere y'aho. Izo ntambwe zose z'ubuzima rero, Twazibagereye kugira mushike kw'isango nyezina rizwi ryo kuba kw'isi hanyuma muhwere, no kugira mutahure ivyemezo na Aayah vy'Imana Allah, muheze mumenye ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa itabangikanywa atari Yo;

هُوَ ٱلَّذِي يُحْيِۦ وَيُمِيتُ ۖ فَإِذَا قَضَىٰٓ أَمْرًا فَإِنَّمَا يَقُولُ لَهُۥ كُن فَيَكُونُ ﴿٦٨﴾

68. Ni Yo Itanga ubuzima Ikanabwaka. Iyo rero Ishatse ikintu ko kiba, ni ukuri Ikibwira gusa Iti: "Ba" kigaca kiba ubwo nyene".

أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ يُجَٰدِلُونَ فِيٓ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ أَنَّىٰ يُصْرَفُونَ ﴿٦٩﴾

69. Ntumwa y'Imana! Ubwo ntutangazwa n'ababahakanyi baharira ku bijanye na Aayah za Qor'ani n'ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, ukuntu bahusha ukuri bakayibangikanya!

ٱلَّذِينَ كَذَّبُواْ بِٱلْكِتَٰبِ وَبِمَآ أَرْسَلْنَا بِهِۦ رُسُلَنَا ۖ فَسَوْفَ يَعْلَمُونَ ﴿٧٠﴾

70. Abahakana bivuye inyuma Qor'ani hamwe n'ibindi Bitabu Twarungikanye Intumwa zacu kugira birongore abantu mu nzira yacu, bitebe bitebuke, bazomenya inkurikizi y'ubuhakanyi bwabo;

إِذِ ٱلْأَغْلَٰلُ فِيٓ أَعْنَاقِهِمْ وَٱلسَّلَٰسِلُ يُسْحَبُونَ ﴿٧١﴾

71. Igihe baboheshejwe iminyororo mw'izosi, maze bakaboheshwa n'amapingu ku maguru, bagaheza bakabururwa n'abamalayika "Al-Zabaaniya" bacungereye umuriro;

فِى ٱلْحَمِيمِ ثُمَّ فِى ٱلنَّارِ يُسْجَرُونَ ﴿٧٢﴾

72. Mu mazi asebuye akaryimara, hanyuma bakabata mu muriro wama wakijwe wa Jahannamu;

ثُمَّ قِيلَ لَهُمْ أَيْنَ مَا كُنتُمْ تُشْرِكُونَ ﴿٧٣﴾

73. Hanyuma bakabwirwa n'agashinyaguro n'akantu bati: "Mbega imana zanyu mwahora musenga ziri hehe!

مِن دُونِ ٱللَّهِ ۖ قَالُواْ ضَلُّواْ عَنَّا بَل لَّمْ

74. Zazimanganiye hehe ko mwazibangikanya n'Imana Allah! Ubwo ntimwozisaba zikabakura mu kaga murimwo!". Bazoheza bishure bati: "Zazimanganye nta

n'ico zatumariye, ahubwo mbere tukiri kw'isi, twasenga ibintazi ata co bimaze". Ni nk'uko rero Imana Allah - Yazimanganije ibigirwamana mu muriro udahera - Ihubisha abagarariji ku bugaba bwabo;

نَكُن نَّدۡعُواْ مِن قَبۡلُ شَيۡـٔٗاۚ كَذَٰلِكَ يُضِلُّ ٱللَّهُ ٱلۡكَٰفِرِينَ ٧٤

75. Bagarariji! Ivyo bihano mwahawe rero, vyaturutse ku kugotwa kwanyu kw'isi mu kuryoherwa n'ibikorwa bibi mwakora, no ku kurangwa n'amanyama hamwe n'akarenganyo.

ذَٰلِكُم بِمَا كُنتُمۡ تَفۡرَحُونَ فِي ٱلۡأَرۡضِ بِغَيۡرِ ٱلۡحَقِّ وَبِمَا كُنتُمۡ تَمۡرَحُونَ ٧٥

76. Bazobwirwa bati: "Ku kubera ubugarariji bwanyu rero, nimwinjire mu muriro wa Jahannamu, muzowubamwo ibihe bidahera".

ٱدۡخُلُوٓاْ أَبۡوَٰبَ جَهَنَّمَ خَٰلِدِينَ فِيهَاۖ فَبِئۡسَ مَثۡوَى ٱلۡمُتَكَبِّرِينَ ٧٦

77. Ntumwa y'Imana! Niwirengagize rero ibangamira ry'ababangikanyamana, maze wihangane, uheze ushishikare irarikiramana, mu vy'ukuri isezerano ry'intsinzi wahawe n'Imana Allah, ni iry'ukuri, kandi Izorishitsa. Mu gihe rero Twokwereka mu buzima bwawe bimwe mu bihano Twasezeraniye ababangikanyamana, canke Tukakwica imbere yuko bashikirwa na nya bihano, ni kuri Twebwe Allah bazosubizwa ku musi w'izuka kugira Tubahanire ivyo bakoze.

فَٱصۡبِرۡ إِنَّ وَعۡدَ ٱللَّهِ حَقّٞۚ فَإِمَّا نُرِيَنَّكَ بَعۡضَ ٱلَّذِي نَعِدُهُمۡ أَوۡ نَتَوَفَّيَنَّكَ فَإِلَيۡنَا يُرۡجَعُونَ ٧٧

78. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, Twararungitse hambere yawe Intumwa nyinshi, zaje zirarikira abo zarungitsweko ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, ziraheza zirihanganira ibangamira ry'abantu bazo. Muri zo rero, harimwo izo Twakwiganiye ido n'ido amateka yazo; harimwo n'izo Tutakwiganiye amateka yazo, zose rero zikaba zabwirijwe gushikiriza abantu bazo, ivyo zahishuriwe. Nta ho vyakabaye rero, ko Intumwa ishikiriza Aayah canke igitangaro na kimwe, kiretse ko yabishikiriza ku burenganzira no ku bushake vy'Imana Allah. Nihagera rero, ko ingingo y'Imana Allah yo guhana ababahakanyi ija mu ngiro, hazocibwa urutunganye vy'ukuri hagati y'Intumwa n'abo zarungitsweko, maze abanyakinyoma bahombe ku kurementaniriza Imana Allah.

وَلَقَدۡ أَرۡسَلۡنَا رُسُلٗا مِّن قَبۡلِكَ مِنۡهُم مَّن قَصَصۡنَا عَلَيۡكَ وَمِنۡهُم مَّن لَّمۡ نَقۡصُصۡ عَلَيۡكَۗ وَمَا كَانَ لِرَسُولٍ أَن يَأۡتِيَ بِـَٔايَةٍ إِلَّا بِإِذۡنِ ٱللَّهِۚ فَإِذَا جَآءَ أَمۡرُ ٱللَّهِ قُضِيَ بِٱلۡحَقِّ وَخَسِرَ هُنَالِكَ ٱلۡمُبۡطِلُونَ ٧٨

79. Imana Allah, ni Yo Yabagiriye ibitungwa kugira muvyikoreko, maze mwiyunguruze kuri bimwe, ibindi na vyo mufungure inyama zavyo;

ٱللَّهُ ٱلَّذِي جَعَلَ لَكُمُ ٱلۡأَنۡعَٰمَ لِتَرۡكَبُواْ مِنۡهَا وَمِنۡهَا تَأۡكُلُونَ ٧٩

80. Ibitungwa biranabafitiye akamaro kanini cane. Yabibagiriye no kugira muvyunguruzeko ivyo mushaka kwunguruza mubijana mu bihugu vya kure; muranavyiyunguruzako imusozi, mw'ibahari na ho mukiyunguruza mu bwato.

وَلَكُمۡ فِيهَا مَنَٰفِعُ وَلِتَبۡلُغُواْ عَلَيۡهَا حَاجَةٗ فِي صُدُورِكُمۡ وَعَلَيۡهَا وَعَلَى ٱلۡفُلۡكِ تُحۡمَلُونَ ٨٠

81. Imana Allah, Iranabereka ivyemezo vyayo vyinshi kandi bitomoye, vyerekana ubushobozi n'ububasha vyayo

وَيُرِيكُمۡ ءَايَٰتِهِۦ فَأَيَّ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ تُنكِرُونَ ٨١

ifise ku biremwa. None ni icemezo nyabaki mu vyemezo vyayo mubeshuza mugahakana!

أَفَلَمْ يَسِيرُواْ فِي ٱلْأَرْضِ فَيَنظُرُواْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْۚ كَانُوٓاْ أَكْثَرَ مِنْهُمْ وَأَشَدَّ قُوَّةً وَءَاثَارًا فِي ٱلْأَرْضِ فَمَآ أَغْنَىٰ عَنْهُم مَّا كَانُواْ يَكْسِبُونَ ﴿٨٢﴾

82. Mbega none, abahakanyi batigera banyurwa na Aayah hamwe n'ivyemezo vyayo, ntibaragendagenda kw'isi ngo birabire ukuntu iherezo ry'abahakanyi b'aho hambere yabo, ryagenze! Bari n'abantu bafise ingabo n'inguvu nyinshi kubarusha, basize n'ibisigarira bigizwe n'inyubakwa n'ibindi vyerekana ko bari bahambaye kubasumba! Ivyo barondeye vyose rero, nta co vyabamariye hageze guhanwa;

فَلَمَّا جَآءَتْهُمْ رُسُلُهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ فَرِحُواْ بِمَا عِندَهُم مِّنَ ٱلْعِلْمِ وَحَاقَ بِهِم مَّا كَانُواْ بِهِۦ يَسْتَهْزِءُونَ ﴿٨٣﴾

83. Igihe rero abahakanyi bashikirwa n'Intumwa zabo, zikaza zibangikanije ivyemezo bitomoye, barishimiye ubumenyi bwabo buca kubiri n'ukuri bashikirizwa na nya Ntumwa, maze bakikuzwa n'ibihano bahora bihutira gusaba ko bohabwa[1] ku gutebura.

فَلَمَّا رَأَوْاْ بَأْسَنَا قَالُوٓاْ ءَامَنَّا بِٱللَّهِ وَحْدَهُۥ وَكَفَرْنَا بِمَا كُنَّا بِهِۦ مُشْرِكِينَ ﴿٨٤﴾

84. Igihe rero nya bahakanyi bashikirwa n'ibihano vyacu, baciye bemanga bavuga bati: "Twemeye Imana Allah Yo Yonyene, twanagararije mu kwamirira kure ivyo twahora tuyibangikanya";

فَلَمْ يَكُ يَنفَعُهُمْ إِيمَٰنُهُمْ لَمَّا رَأَوْاْ بَأْسَنَاۖ سُنَّتَ ٱللَّهِ ٱلَّتِي قَدْ خَلَتْ فِي عِبَادِهِۦۖ وَخَسِرَ هُنَالِكَ ٱلْكَٰفِرُونَ ﴿٨٥﴾

85. Ico gihe rero, ukwemera kwabo nta co kwari kubamarira kandi bamaze kwugarizwa bakagirwa n'ibihano. Ni ukwo vyamye rero ku bahakanyi b'aho hambere, ko ukwemera kwabo bamaze kwagirwa n'ibihano ata co kwaba kubamariye. Aho rero, ni ho abagararije batemera ko hariho Imana Imwe Rudende Allah, baheza bagahanwa, bakagoka bagahona.

41. Fusswilat (Aayah Zitomoye)
Aayah 54, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

حمٓ ﴿١﴾

1. Haa Miim[2].

تَنزِيلٌ مِّنَ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ﴿٢﴾

2. Iyi Qor'ani, yahishuwe na Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo, ku Muvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);

كِتَٰبٌ فُصِّلَتْ ءَايَٰتُهُۥ قُرْءَانًا عَرَبِيًّا لِّقَوْمٍ يَعْلَمُونَ ﴿٣﴾

3. Ni Igitabu, Aayah zaco zatomowe bikwiye mu nsiguro no mu ngingo vyazo. Qor'ani yamanuwe yoroshe gutahura mu rurimi rw'icarabu ku bantu baruzi neza;

[1] Iyi Aayah, iremeza ko ubumenyi buca kubiri n'ubwislamu, canke bubutyoza, canke butera amakenga kuri bwo, buba ari ubumenyi budakundwa n'Imana Allah, n'uko umumenyi yisunga ubwo bumenyi, atari mu bakurikizi b'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).
[2] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'Igisomwa Al-Baqara.

بَشِيرًا وَنَذِيرًا فَأَعْرَضَ أَكْثَرُهُمْ فَهُمْ لَا يَسْمَعُونَ ﴿٤﴾

4. Ishikiriza inkuru nziza abantu bayemera bakayigendera, ko bagenewe indishi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ikanagabisha abayigarariza ku bihano bibarindiriye kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa; ariko abenshi muri bo, barayirengagiza, ntibayumva ngo baheze bayemere, bayigendere.

وَقَالُوا۟ قُلُوبُنَا فِىٓ أَكِنَّةٍ مِّمَّا تَدْعُونَآ إِلَيْهِ وَفِىٓ ءَاذَانِنَا وَقْرٌ وَمِنۢ بَيْنِنَا وَبَيْنِكَ حِجَابٌ فَٱعْمَلْ إِنَّنَا عَٰمِلُونَ ﴿٥﴾

5. Abagarariji birengagiza Qor'ani, babwiye Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bati: "Imitima yacu irugaye, ntiyoroha ngo itahure ivyo uturarikira kwemera; n'amatwi yacu yarazivye, ntiyumva ivyo uvuga; kandi hagati yacu na we hari ipaziya ituma tutokurikira irarikiramana ryawe. Kubera ivyo rero, kora ivyo ukora wisunze idini ryawe, na twe nyene ntitwicaye, mu vy'ukuri dukora ivyo dukora twisunze idini ryacu, ntiturota tugukurikira".

قُلْ إِنَّمَآ أَنَا۠ بَشَرٌ مِّثْلُكُمْ يُوحَىٰٓ إِلَىَّ أَنَّمَآ إِلَٰهُكُمْ إِلَٰهٌ وَٰحِدٌ فَٱسْتَقِيمُوٓا۟ إِلَيْهِ وَٱسْتَغْفِرُوهُ ۗ وَوَيْلٌ لِّلْمُشْرِكِينَ ﴿٦﴾

6. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Ni ukuri jewe, ndi umuntu nkamwe, mpishurirwa gusa n'Imana Allah ko Imana yanyu Ikwiye gusengwa Itabangikanywa, ari Imana Imwe Rudende Allah, nimukurikire rero inzira ibashikana kuri Yo, mwongere muyisabe ikigongwe ku vyaha vyanyu. Uguhanwa nya guhanwa rero, ni ukw'ababangikanyamana bateza imitima yabo mu gusenga Imana Imwe Rudende Allah;

ٱلَّذِينَ لَا يُؤْتُونَ ٱلزَّكَوٰةَ وَهُم بِٱلْءَاخِرَةِ هُمْ كَٰفِرُونَ ﴿٧﴾

7. Abadatanga imperezwa ngo bayihereze abayigenewe, batanemera izurwa ry'ibiremwa, eka ntibanemera ko Ubwami bw'ijuru n'umuriro udahera, bibaho".

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَهُمْ أَجْرٌ غَيْرُ مَمْنُونٍ ﴿٨﴾

8. Mu vy'ukuri abemeye Imana Allah, Intumwa yayo n'Ibitabu vyayo, bagakora n'ivyiza bitegetswe ku bw'Imana Allah, barategekanirijwe impembo ihambaye yamaho.

۞ قُلْ أَئِنَّكُمْ لَتَكْفُرُونَ بِٱلَّذِى خَلَقَ ٱلْأَرْضَ فِى يَوْمَيْنِ وَتَجْعَلُونَ لَهُۥٓ أَندَادًا ۚ ذَٰلِكَ رَبُّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٩﴾

9. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Ni ukuri, aho nyene murakenyeye mugararize Imana Allah Yaremye isi mu misi ibiri, maze muyigirire ababangikanyi muyibangikanya mu gusengwa! Iyo Mana Yaremye, ni Yo Mana Mubungabunzi w'ibiremwa vyose;

وَجَعَلَ فِيهَا رَوَٰسِىَ مِن فَوْقِهَا وَبَٰرَكَ فِيهَا وَقَدَّرَ فِيهَآ أَقْوَٰتَهَا فِىٓ أَرْبَعَةِ أَيَّامٍ سَوَآءً لِّلسَّآئِلِينَ ﴿١٠﴾

10. Iraheza Ishira kuri nya si, imisozi iyigumya, Iranayihezagira kugira izokwame ibeshaho abayibako; maze mu yindi misi ibiri Igera imfungurwa n'ibindi vyose nkenerwa mu buzima bwo kw'isi, gutyo yose hamwe iba ikwiye imisi ine ku bashaka kubaza ikiringo c'iremwa ry'isi n'ibirimwo;

ثُمَّ ٱسْتَوَىٰٓ إِلَى ٱلسَّمَآءِ وَهِىَ دُخَانٌ فَقَالَ لَهَا وَلِلْأَرْضِ ٱئْتِيَا طَوْعًا أَوْ كَرْهًا قَالَتَآ أَتَيْنَا طَآئِعِينَ ﴿١١﴾

11. Mu nyuma, ni ho Yatumbera ijuru Irarirema, imbere y'aho rikaba ryari umwotsi, maze Iraribwira hamwe n'isi Iti: "Nimubeho mwubahiriza ibwirizwa ryanje vyanka bikunda!". Maze ijuru n'isi biragamburuka biti:

“Twakwitavye, twicishije bugufi mu bugamburutsi nta ngere, ntiturota duca kubiri n’ibwirizwa ryawe”;

فَقَضَىٰهُنَّ سَبۡعَ سَمَٰوَاتٖ فِي يَوۡمَيۡنِ وَأَوۡحَىٰ فِي كُلِّ سَمَآءٍ أَمۡرَهَاۚ وَزَيَّنَّا ٱلسَّمَآءَ ٱلدُّنۡيَا بِمَصَٰبِيحَ وَحِفۡظٗاۚ ذَٰلِكَ تَقۡدِيرُ ٱلۡعَزِيزِ ٱلۡعَلِيمِ ١٢

12. Ni ho rero Imana Allah, Yatunganya iremwa ry’amajuru indwi mu misi ibiri, gutyo ikiringo c’imisi y’iremwa ry’amajuru indwi n’isi, kiba imisi itandatu[1]; Iraheza rero Ihishura mw’ijuru rimwerimwe amabwirizwa yubahirizwa muri ryo, Iranashariza ijuru ryegereye isi n’inyenyeri zakaka nk’amatara, kugira Irikingire kuvogerwa n’amashetani asuma urusaku. Iryo remwa ritangaje ry’ivyo vyose rero, ni indinganizo yateguwe na Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenubumenyikurivyose”.

فَإِنۡ أَعۡرَضُواْ فَقُلۡ أَنذَرۡتُكُمۡ صَٰعِقَةٗ مِّثۡلَ صَٰعِقَةِ عَادٖ وَثَمُودَ ١٣

13. Ntumwa y’Imana! Abahakanyi rero nibirengagiza Qor’ani, inyuma y’aho bayitomorewe bagatomorerwa n’ibiranga Imana Allah, uraheza ubabwire uti: “Ku bwanje, nabagabishije ku bihano bihonya; nk’ivyahoneje Bene Aadi na Bene Thamuudi”;

إِذۡ جَآءَتۡهُمُ ٱلرُّسُلُ مِنۢ بَيۡنِ أَيۡدِيهِمۡ وَمِنۡ خَلۡفِهِمۡ أَلَّا تَعۡبُدُوٓاْ إِلَّا ٱللَّهَۖ قَالُواْ لَوۡ شَآءَ رَبُّنَا لَأَنزَلَ مَلَٰٓئِكَةٗ فَإِنَّا بِمَآ أُرۡسِلۡتُم بِهِۦ كَٰفِرُونَ ١٤

14. Igihe Bene Aadi na Bene Thamuudi bashikirwa n’Intumwa z’urutavanako zikababwiriza ziti: “Ntimukiyegereze ikindi kintu kitari Imana Imwe Rudende Allah mu vyo mukora vyose mu gusenga”. Baraheza bishura n’itebura n’akantu bati: “Iyo Imana yacu Rurema Allah, Ishaka ko tuyisenga ari Imwe Rudende tutayibangikanya na kimwe mu vyo dukora vyose, Yari kumanura abamalayika bakaba ari zo Ntumwa ziturarikira isengwa ryayo. Kuri iyo mvo rero ga mwa Ntumwa mwe! Ni ukuri, turagararije isengwa ry’Imana Imwe Rudende Allah muturarikira”.

فَأَمَّا عَادٞ فَٱسۡتَكۡبَرُواْ فِي ٱلۡأَرۡضِ بِغَيۡرِ ٱلۡحَقِّ وَقَالُواْ مَنۡ أَشَدُّ مِنَّا قُوَّةًۖ أَوَلَمۡ يَرَوۡاْ أَنَّ ٱللَّهَ ٱلَّذِي خَلَقَهُمۡ هُوَ أَشَدُّ مِنۡهُمۡ قُوَّةٗۖ وَكَانُواْ بِـَٔايَٰتِنَا يَجۡحَدُونَ ١٥

15. Bene Aadi barungikiwe Intumwa Huudi rero, baragize amanyama barihambaza ku bantu ku karenganyo, baraheza bavuga n’ubwishime n’akantu bati: “Ni nde aturusha inguvu n’ingabo!”. Mbega ntibabona ko Imana Allah Yabaremye, ari Yo Ibarusha inguvu n’ingabo! Bene Aadi rero, bari n’abantu bahakana bivuye inyuma ivyemezo vyacu.

فَأَرۡسَلۡنَا عَلَيۡهِمۡ رِيحٗا صَرۡصَرٗا فِيٓ أَيَّامٖ نَّحِسَاتٖ لِّنُذِيقَهُمۡ عَذَابَ ٱلۡخِزۡيِ فِي ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَاۖ وَلَعَذَابُ ٱلۡأٓخِرَةِ أَخۡزَىٰۖ وَهُمۡ لَا يُنصَرُونَ ١٦

16. Ni ho rero Twabarungikira umuyaga w’igikonyozi umena amatwi mu misi y’akaga kabi, kugira Tubahonje ibihano bisuzuguza kw’isi. Ni ukuri, ibihano bibarindiriye mu buzima bw’inyuma yo gupfa, birazusuguza cane kurusha, ntibazoronka n’uwubatabara ngo abibakingire.

وَأَمَّا ثَمُودُ فَهَدَيۡنَٰهُمۡ فَٱسۡتَحَبُّواْ ٱلۡعَمَىٰ عَلَى

17. Nayo Bene Thamuudi barungikiwe Intumwa Swalehe, Twarabatomoreye inzira ibereye y’ukuri, maze bahitamwo

[1] Imana Allah Yaremye amajuru n’isi mu misi itandatu ku ntumbero Yo Yonyene Izi kandi Ifise ku biremwa, mu gihe Ishoboye kubirema vyose mu kanya isase.

ubupfamaso ha guhitamwo uburongozi, baca bahitanwa n'ibihano bisuzuguza bihonya, bitewe n'ivyaha vy'igarariza ryabo.

ٱلْهُدَىٰ فَأَخَذَتْهُمْ صَٰعِقَةُ ٱلْعَذَابِ ٱلْهُونِ بِمَا كَانُوا۟ يَكْسِبُونَ ﴿١٧﴾

18. Twahavuye rero Turokora mu bihano vyahoneje Bene Aadi na Bene Thamuudi, abemeye Imana Allah bakanikingira ibihano vyayo mu kwubahiriza amabwirizwa yayo.

وَنَجَّيْنَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَكَانُوا۟ يَتَّقُونَ ﴿١٨﴾

19. Umusi rero abansi b'Imana Allah bazutse bagashorerwa mu muriro, babanje kwegeranirizwa hamwe bose;

وَيَوْمَ يُحْشَرُ أَعْدَآءُ ٱللَّهِ إِلَى ٱلنَّارِ فَهُمْ يُوزَعُونَ ﴿١٩﴾

20. Bamaze gushikira no kubona nya muriro, bakigarama ibibi bakoze, amatwi, amaso n'ibindi bihimba vyabo bizobagiriza ku vyaha n'ibicumuro bari barakoze kw'isi;

حَتَّىٰٓ إِذَا مَا جَآءُوهَا شَهِدَ عَلَيْهِمْ سَمْعُهُمْ وَأَبْصَٰرُهُمْ وَجُلُودُهُم بِمَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿٢٠﴾

21. Maze bavuge bata imiragwe ku bihimba vyabo bati: "Ni kuki mutwagiriza ivyaha n'ibicumuro twakoze!". Vya bihimba biheze vyishure biti: "Twashobojwe kuvuga n'Imana Allah Ishoboye kuvugisha ikintu cose, ni na Yo Mana Yabaremye ubwa mbere, ni no kuri Yo rero mwasubijwe mumaze kuzuka, kugira muharurirwe, muheze muhemberwe ivyo mwakoze;

وَقَالُوا۟ لِجُلُودِهِمْ لِمَ شَهِدتُّمْ عَلَيْنَا ۖ قَالُوٓا۟ أَنطَقَنَا ٱللَّهُ ٱلَّذِىٓ أَنطَقَ كُلَّ شَىْءٍ وَهُوَ خَلَقَكُمْ أَوَّلَ مَرَّةٍ وَإِلَيْهِ تُرْجَعُونَ ﴿٢١﴾

22. Mwakora ivyaha vyanyu kw'isi mwihishije mutazi ko amatwi, amaso n'ibindi bihimba vyanyu bizobagiriza ku musi w'izuka; ariko ivyo mwakora vyose, mwabikorera mu mpisho mwibwira ko Imana Allah Itazi vyinshi mu vyaha mwakora;

وَمَا كُنتُمْ تَسْتَتِرُونَ أَن يَشْهَدَ عَلَيْكُمْ سَمْعُكُمْ وَلَآ أَبْصَٰرُكُمْ وَلَا جُلُودُكُمْ وَلَٰكِن ظَنَنتُمْ أَنَّ ٱللَّهَ لَا يَعْلَمُ كَثِيرًا مِّمَّا تَعْمَلُونَ ﴿٢٢﴾

23. Ukwo kwiyumvira nabi rero Imana yanyu Rurema Allah, ni kwo kwabataye mu muriro, muca muba mu bahomvye ubuzima bwabo n'ivyabo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa".

وَذَٰلِكُمْ ظَنُّكُمُ ٱلَّذِى ظَنَنتُم بِرَبِّكُمْ أَرْدَىٰكُمْ فَأَصْبَحْتُم مِّنَ ٱلْخَٰسِرِينَ ﴿٢٣﴾

24. Abagarariji rero nibaba bashobora kwihanganira ibihano, nibamenye ko umuriro ari ryo cumbi ryabo; nibatakamba bagasaba gusubizwa kw'isi ngo bakore ivyiza bitegetswe naho, ntibazokwemererwa igisabo cabo.

فَإِن يَصْبِرُوا۟ فَٱلنَّارُ مَثْوًى لَّهُمْ ۖ وَإِن يَسْتَعْتِبُوا۟ فَمَا هُم مِّنَ ٱلْمُعْتَبِينَ ﴿٢٤﴾

25. Twarabaretse bagira abagenzi babi babama hafi mu mashetani akomoka mu bantu no mu Majini, maze babaryohereza gukora ibibi no kuryoherwa n'ibihendamaso vy'isi, babibagiza no gukora ivyiza bizobagirira akamaro mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Kubera ivyo vyose rero, bategerezwa kwinjira mu muriro hamwe n'imigwi yahakanye aho hambere yabo mu Majini no mu bantu. Mu vy'ukuri, bari no mu bantu bahomvye

۞وَقَيَّضْنَا لَهُمْ قُرَنَآءَ فَزَيَّنُوا۟ لَهُم مَّا بَيْنَ أَيْدِيهِمْ وَمَا خَلْفَهُمْ وَحَقَّ عَلَيْهِمُ ٱلْقَوْلُ فِىٓ أُمَمٍ قَدْ خَلَتْ مِن قَبْلِهِم مِّنَ ٱلْجِنِّ وَٱلْإِنسِ ۖ إِنَّهُمْ كَانُوا۟ خَٰسِرِينَ ﴿٢٥﴾

ubuzima bwabo n'ivyabo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

26. Abagarariji babwiranye hagati yabo bahanurana bati: "Ntimukumvirize iyi Qor'ani ngo mukurikire amabwirizwa yayo; mu gihe Muhamadi ariko arayisoma rero, murayogorera rimwe, mumuciramwo mu kuvuga, mu gukobereza no mugukoma amashi, mushaka ko kumbure yohava akaganzwa agaheba kuyisoma";

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لَا تَسۡمَعُواْ لِهَٰذَا ٱلۡقُرۡءَانِ وَٱلۡغَوۡاْ فِيهِ لَعَلَّكُمۡ تَغۡلِبُونَ ٢٦

27. Kubera ivyo rero, ni ukuri Tuzohonja abagarariji bahanurana nk'ukwo, ibihano bikaze mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, ni ukuri Tuzonabaha impembo mbi cane ku vyaha bari barakoze kw'isi;

فَلَنُذِيقَنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ عَذَابٗا شَدِيدٗا وَلَنَجۡزِيَنَّهُمۡ أَسۡوَأَ ٱلَّذِي كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ٢٧

28. Ivyo bihano bikaze rero, ari na yo mpembo ikwiye abansi b'Imana Allah, ni umuriro wa Jahannamu; muri wo, ni ho bafise ubuzima budahera, ni yo mpembo yabo kw'ihakana ryabo ry'ivyemezo vyacu[1].

ذَٰلِكَ جَزَآءُ أَعۡدَآءِ ٱللَّهِ ٱلنَّارُۖ لَهُمۡ فِيهَا دَارُ ٱلۡخُلۡدِ جَزَآءَۢ بِمَا كَانُواْ بِـَٔايَٰتِنَا يَجۡحَدُونَ ٢٨

29. Abagararije Imana Allah n'Intumwa yayo, bazovuga n'ishavu n'akantu bari mu muriro udahera, bati: "Mana yacu Rurema Allah! Twereke abaduhubishije mu Majini no mu bantu, maze tubahonyange n'ibirenge kugira babe mu nyenga y'umuriro!".

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ رَبَّنَآ أَرِنَا ٱلَّذَيۡنِ أَضَلَّانَا مِنَ ٱلۡجِنِّ وَٱلۡإِنسِ نَجۡعَلۡهُمَا تَحۡتَ أَقۡدَامِنَا لِيَكُونَا مِنَ ٱلۡأَسۡفَلِينَ ٢٩

30. Mu vy'ukuri abavuze bati: "Imana yacu Rurema Itabangikanywa, ni Allah; hanyuma bakaba n'abagororotsi mu kwubahiriza amabwirizwa yayo; iyo bari ku mpfiro, bururukirwa n'abamalayika bakababwira babahumuriza bati: "Ntimutinye na gato gupfa, vyongeye ntimugire impungenge y'ibikurikira mu buzima bw'inyuma y'aho, kandi ntimwicwe n'intuntu ku vyo musize kw'isi, nimuhimbarwe nyabuna n'Ubwami bw'ijuru mwahora musezeranirwa"".

إِنَّ ٱلَّذِينَ قَالُواْ رَبُّنَا ٱللَّهُ ثُمَّ ٱسۡتَقَٰمُواْ تَتَنَزَّلُ عَلَيۡهِمُ ٱلۡمَلَٰٓئِكَةُ أَلَّا تَخَافُواْ وَلَا تَحۡزَنُواْ وَأَبۡشِرُواْ بِٱلۡجَنَّةِ ٱلَّتِي كُنتُمۡ تُوعَدُونَ ٣٠

31. Nya bamalayika barongera bakababwira bati: "Twebwe, turi abahagarikizi n'abatabazi banyu mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa. Mu Bwami bw'ijuru, mufise kuronswa ivyo vyose umutima wanyu wipfuza, mukanihitiramwo n'ivyo mushaka;

نَحۡنُ أَوۡلِيَآؤُكُمۡ فِي ٱلۡحَيَوٰةِ ٱلدُّنۡيَا وَفِي ٱلۡأٓخِرَةِۖ وَلَكُمۡ فِيهَا مَا تَشۡتَهِيٓ أَنفُسُكُمۡ وَلَكُمۡ فِيهَا مَا تَدَّعُونَ ٣١

32. Ni induhuro y'ivyiza bihimbaye bivuye kwa Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo".

نُزُلٗا مِّنۡ غَفُورٖ رَّحِيمٖ ٣٢

33. Nta n'umwe avuga ijambo ryiza rihimbaye, yoza aruta uwurarikira ukwemera no gusenga Imana Imwe Rudende Allah, akanakora n'ivyiza bitegetswe, maze akavuga

وَمَنۡ أَحۡسَنُ قَوۡلٗا مِّمَّن دَعَآ إِلَى ٱللَّهِ وَعَمِلَ صَٰلِحٗا وَقَالَ إِنَّنِي مِنَ ٱلۡمُسۡلِمِينَ ٣٣

[2] Iyi Aayah, ni icemezo cerekana ububi bwo gukura abantu kuri Qor'ani mu kubabuza kuyumviriza no kuyigendera.

yemanga ati: “Jewe ni ukuri, ndi mu bislamu bicisha bugufi mu kwubahiriza amabwirizwa y’Imana Allah[1]”.

34. Iciza gikorwa n’abemeramana bubahiriza amabwirizwa y’Imana Allah, bakaba n’abagwaneza ku bandi, ntikingana mu ndishi n’ikibi gikorwa n’abagarariji baca kubiri n’amabwirizwa yayo, bakanagirira nabi abandi. Ntumwa y’Imana! Kubera ivyo rero, uwukugiriye nabi uramwishura ineza mu bwitonzi, ico kizotuma uwahora ari umwansi wawe ahinduka, maze abe umukunzi wa hafi, akurwanako.

وَلَا تَسْتَوِى ٱلْحَسَنَةُ وَلَا ٱلسَّيِّئَةُ ۚ ٱدْفَعْ بِٱلَّتِى هِىَ أَحْسَنُ فَإِذَا ٱلَّذِى بَيْنَكَ وَبَيْنَهُۥ عَدَٰوَةٌ كَأَنَّهُۥ وَلِىٌّ حَمِيمٌ ﴿٣٤﴾

35. Nta wushobozwa kugira inyifato nziza yo gusubiza ineza ku nabi yagiriwe, kiretse abihanganira abandi bagashira imbere ibishimisha Imana Allah; nta n’uwushobozwa kugira iyo nyifato, kiretse uwahawe umugabane uhambaye wo kubaho mw’iteka n’itekane kw’isi no mu buzima bw’inyuma yo gupfa.

وَمَا يُلَقَّىٰهَآ إِلَّا ٱلَّذِينَ صَبَرُوا۟ وَمَا يُلَقَّىٰهَآ إِلَّا ذُو حَظٍّ عَظِيمٍ ﴿٣٥﴾

36. Mu gihe rero shetani yogutera inyoshambi, maze ukibwira ku mutima ko utegerezwa kwihora uwakugiriye inabi, uraheza wikinge ku Mana Allah Iheze Igukingire inyoshambi za shetani, mu vy’ukuri Imana Allah, ni Yo Nyenukwumva, Irumva ivyo uvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikorwa vy’ibiremwa.

وَإِمَّا يَنزَغَنَّكَ مِنَ ٱلشَّيْطَٰنِ نَزْغٌ فَٱسْتَعِذْ بِٱللَّهِ ۖ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْعَلِيمُ ﴿٣٦﴾

37. Mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende kandi Ishoboye, ni ikurakuranwa ry’ijoro n’umurango n’ibisikanya ry’izuba n’ukwezi; ivyo vyose rero, biba ku bushobozi bwayo. Ntimukubamire rero izuba canke ukwezi kuko ari ibiremwa, ahubwo nyabuna nimwubamire Imana Allah Yo Yabiremye nimwaba koko ari Yo musenga mutayibangikanya na kimwe mu biremwa.

وَمِنْ ءَايَٰتِهِ ٱلَّيْلُ وَٱلنَّهَارُ وَٱلشَّمْسُ وَٱلْقَمَرُ ۚ لَا تَسْجُدُوا۟ لِلشَّمْسِ وَلَا لِلْقَمَرِ وَٱسْجُدُوا۟ لِلَّهِ ٱلَّذِى خَلَقَهُنَّ إِن كُنتُمْ إِيَّاهُ تَعْبُدُونَ ﴿٣٧﴾

38. Ababangikanyamana, nibagira amanyama mu kutubamira Imana Allah, baramenya ko abamalayika bari ku Mana yawe Rurema Allah, batigera bagira amanyama mu kutayubamira, ahubwo mbere ntibahengeshanya kuyininahaza no kuyitazira ijoro n’umurango, kandi bobo rero ntibigera baruha canke ngo badebukirwe[2].

فَإِنِ ٱسْتَكْبَرُوا۟ فَٱلَّذِينَ عِندَ رَبِّكَ يُسَبِّحُونَ لَهُۥ بِٱلَّيْلِ وَٱلنَّهَارِ وَهُمْ لَا يَسْـَٔمُونَ ﴿٣٨﴾

39. Biri no mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende kandi Ishoboye, kubona isi yagadutse igacika ubukumbagare, Tugize ngo Turamanuye imvura ikagwa kuri nya si yagadutse, buno nyene nya si igaca ibomba, ikiyongera n’akanovera, maze ibiterwa n’ivyimeza bikanaga. Mu vy’ukuri Imana Allah, Isubiza isi

وَمِنْ ءَايَٰتِهِۦٓ أَنَّكَ تَرَى ٱلْأَرْضَ خَٰشِعَةً فَإِذَآ أَنزَلْنَا عَلَيْهَا ٱلْمَآءَ ٱهْتَزَّتْ وَرَبَتْ ۚ إِنَّ ٱلَّذِىٓ أَحْيَاهَا لَمُحْىِ ٱلْمَوْتَىٰٓ ۚ إِنَّهُۥ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٣٩﴾

[2] Iyi Aayah irerekana ikibanza c’iteka c’abamenyi barazwa ishinga n’irarikiramana, bisunze ubumenyi nya bumenyi nk’uko Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) yabigenza.

[1] Uhejeje gusoma iyi Aayah gushika ku mpera, uca wubama incuro imwe.

akabombere, igasubira kumera inyuma y'igaduka ryayo, ni ukuri Irashoboye no gusubiza ubuzima abapfuye bakazuka. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Mushoboravyose.

40. Mu vy'ukuri, abahusha ukuri bakagarariza Aayah zacu za Qor'ani, bakanazisigura ukutari kwo, ntitubayobewe na gato. Mbega burya none, uwutabwa mu muriro ku bugarariji bwiwe, ni we ntore, canke intore ni uwuzoza ku musi w'izuka atekaniwe ku kudahanwa, ategekanirijwe n'impembo y'ukwemera kwiwe Aayah za Qor'ani! Bagarariji! Nimukore ivyo mwipfuza gukora, burya Imana Allah, Irabona neza ivyo mukora, ni Nyenukubona, Izobibahembera.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يُلۡحِدُونَ فِيٓ ءَايَٰتِنَا لَا يَخۡفَوۡنَ عَلَيۡنَآۗ أَفَمَن يُلۡقَىٰ فِي ٱلنَّارِ خَيۡرٌ أَم مَّن يَأۡتِيٓ ءَامِنٗا يَوۡمَ ٱلۡقِيَٰمَةِۚ ٱعۡمَلُواْ مَا شِئۡتُمۡ إِنَّهُۥ بِمَا تَعۡمَلُونَ بَصِيرٌ ٤٠

41. Mu vy'ukuri abagararije iyi Qor'ani, bakayihakana bivuye inyuma igihe ibashikiriye, bazohanwa nya guhanwa. Mu vy'ukuri iyi Qor'ani, ni ukuri ni Igitabu gitagatifu gikingiwe guhindagurwa;

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِٱلذِّكۡرِ لَمَّا جَآءَهُمۡۖ وَإِنَّهُۥ لَكِتَٰبٌ عَزِيزٞ ٤١

42. Ntivogerwa n'ikinyoma iyo coturuka hose, nta gikurwamwo, nta congerwamwo nta n'igihindurwa muri yo. Yamanuwe ivuye ku Mana Allah, Intungane mu vyo Ikora, Nyenugushimwa.

لَّا يَأۡتِيهِ ٱلۡبَٰطِلُ مِنۢ بَيۡنِ يَدَيۡهِ وَلَا مِنۡ خَلۡفِهِۦۖ تَنزِيلٞ مِّنۡ حَكِيمٍ حَمِيدٖ ٤٢

43. Ntumwa y'Imana! Nta co ababangikanyamana bakubwira, kiretse ko bakubwira ico Intumwa zarungitswe hambere yawe zabwiwe n'abo zarungitsweko; ihanganire rero ivyo bakubwira, maze ushishikare irarikiramana. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni ukuri ni Nyenikigongwe ku bigaya, Irahana Igahasha abimonogoje mu bugarariji.

مَّا يُقَالُ لَكَ إِلَّا مَا قَدۡ قِيلَ لِلرُّسُلِ مِن قَبۡلِكَۚ إِنَّ رَبَّكَ لَذُو مَغۡفِرَةٖ وَذُو عِقَابٍ أَلِيمٖ ٤٣

44. Ntumwa y'Imana! N'iyo Tugira Qor'ani Twakumanuriye, ikamanuka mu rurimi rutari urw'icarabu, ababangikanyamana bari kuvuga bati: "Ese iyo dutomorerwa Aayah zayo mu carabu, maze tukazitahura"; bari no kuvuga bitangaza bati: "Yemwegaye! Qor'ani iri mu rurimi rutari urw'icarabu, ihishuriwe Umwarabu!". Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Iyi Qor'ani ku bemeramana, ni uburongozi bubakura mu muzimagiza, ni n'umuti w'indwara z'amakenga n'uburyarya ziri mu gikiriza; nayo abatemera Qor'ani, barazivye amatwi, ntibayumva ngo banyurwe, ibatera n'ubupfamaso bw'umushaha, ntibarongora namba". Abo babangikanyamana rero, ni nk'uwuhamagarwa kandi ari kure cane, ntashobora kwumva uwumuhamagara ngo amwitabe!

وَلَوۡ جَعَلۡنَٰهُ قُرۡءَانًا أَعۡجَمِيّٗا لَّقَالُواْ لَوۡلَا فُصِّلَتۡ ءَايَٰتُهُۥٓۖ ءَا۬عۡجَمِيّٞ وَعَرَبِيّٞۗ قُلۡ هُوَ لِلَّذِينَ ءَامَنُواْ هُدٗى وَشِفَآءٞۖ وَٱلَّذِينَ لَا يُؤۡمِنُونَ فِيٓ ءَاذَانِهِمۡ وَقۡرٞ وَهُوَ عَلَيۡهِمۡ عَمًىۚ أُوْلَٰٓئِكَ يُنَادَوۡنَ مِن مَّكَانِۭ بَعِيدٖ ٤٤

45. Ni ukuri Twebwe Allah, Twahaye Musa Igitabu ca Tawurati nk'uko Twaguhaye Igitabu ca Qor'ani, maze Bene Israyeli bicamwo imigwi mu kucubahiriza; muri bo

وَلَقَدۡ ءَاتَيۡنَا مُوسَى ٱلۡكِتَٰبَ فَٱخۡتُلِفَ فِيهِۚ وَلَوۡلَا كَلِمَةٞ سَبَقَتۡ مِن رَّبِّكَ لَقُضِيَ

hari abacemeye, harimwo rero n'abagihakanye. Iyo rero hataba isezerano ry'Imana yawe Rurema Allah Yamaze gutanga ryo kutihutira guhana abantu warungitsweko, mu kurindiriza ibihano vy'umwe wese mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni ukuri abagarariji muri bo bari guhanwa bagahona bose, maze hagasigara abagororotsi gusa. Mu vy'ukuri ababangikanyamana, ni ukuri barafise amakenga kuri Qor'ani.

بَيۡنَهُمۡۚ وَإِنَّهُمۡ لَفِي شَكّٖ مِّنۡهُ مُرِيبٖ ٤٥

46. Uwo wese rero azokora iciza gitegetswe akumvira Imana Allah n'Intumwa yayo, azoba abikoze ku neza yiwe; nayo uwuzokora ikibi mu kutumvira Imana Allah n'Intumwa yayo, azobihanirwa ku gatwe kiwe. Burya Imana yawe Rurema Allah, ntirenganya n'umwe mu biremwa mu kugabanywa ku vyiza canke mu kurengerezwa ku vyaha, n'aho koba akantu inzatsa.

مَّنۡ عَمِلَ صَٰلِحٗا فَلِنَفۡسِهِۦۖ وَمَنۡ أَسَآءَ فَعَلَيۡهَاۗ وَمَا رَبُّكَ بِظَلَّٰمٖ لِّلۡعَبِيدِ ٤٦

47. Ku Mana Allah Yonyene, ni ho hari ubumenyi bw'isango ry'umusi w'umuhero w'isi; nta n'igitumbwe c'ivyamwa kiva mw'ishurwe ryasambuye; nta n'igitsina-gore gisama eka mbere ntikinavyara imbanyi, kiretse ko ivyo vyose biba ku bumenyi bw'Imana Allah. Umusi rero Imana Allah Yahamagaye ababangikanyamana, maze Ikababwira mu kubatetereza Iti: "Mbega abo mwambangikanya mu bikorwa vy'iyumviramana hamwe no mu kunsenga, bari hehe!". Bazoheza bishure bati: "Kuri uno musi, turakumenyesheje ko ata n'umwe muri twebwe yokwemanga yemeza ko hari uwubangikanije na We";

إِلَيۡهِ يُرَدُّ عِلۡمُ ٱلسَّاعَةِۚ وَمَا تَخۡرُجُ مِن ثَمَرَٰتٖ مِّنۡ أَكۡمَامِهَا وَمَا تَحۡمِلُ مِنۡ أُنثَىٰ وَلَا تَضَعُ إِلَّا بِعِلۡمِهِۦۚ وَيَوۡمَ يُنَادِيهِمۡ أَيۡنَ شُرَكَآءِي قَالُوٓاْ ءَاذَنَّٰكَ مَا مِنَّا مِن شَهِيدٖ ٤٧

48. Maze ivyo bahora basenga mu gishingo c'Imana Allah, bizimangane amazimayongo, baheze bizere neza ata kwihenda ko ata buhungiro bafise.

وَضَلَّ عَنۡهُم مَّا كَانُواْ يَدۡعُونَ مِن قَبۡلُۖ وَظَنُّواْ مَا لَهُم مِّن مَّحِيصٖ ٤٨

49. Burya, umuntu ntiyigera arambirwa no gusaba Imana Allah ivyiza vyo kw'isi[1]; iyo akozweko n'ikiza c'ubukene canke indwara n'ibindi, aca yihebura akiyumvira nabi Imana Allah;

لَّا يَسۡـَٔمُ ٱلۡإِنسَٰنُ مِن دُعَآءِ ٱلۡخَيۡرِ وَإِن مَّسَّهُ ٱلشَّرُّ فَيَـُٔوسٞ قَنُوطٞ ٤٩

50. Iyo naho Tumuhonjeje inema ivuye ku mpuhwe zacu Twebwe Allah, inyuma y'amagorwa yamukozeko, ntaheza-ngo ashime, ni ukuri aca agira akagagazo akavuga ati: "Izi nema ndazihawe kuko ndazikwiye, kandi sinibaza n'uko umuhero w'isi ubaho ngo nzuke; no mu gihe vyoshika ukabaho nkazuka, ngasubira ku Mana yanje Rurema Allah, ni ukuri nzosanga Ubwami bw'ijuru bundindiriye". Ni ukuri ku musi w'izuka, Tuzomenyesha abagarariye Imana Allah ibikorwa vyabo bibi, ni ukuri Tuzonabahonja ibihano bikaze.

وَلَئِنۡ أَذَقۡنَٰهُ رَحۡمَةٗ مِّنَّا مِنۢ بَعۡدِ ضَرَّآءَ مَسَّتۡهُ لَيَقُولَنَّ هَٰذَا لِي وَمَآ أَظُنُّ ٱلسَّاعَةَ قَآئِمَةٗ وَلَئِن رُّجِعۡتُ إِلَىٰ رَبِّيٓ إِنَّ لِي عِندَهُۥ لَلۡحُسۡنَىٰۚ فَلَنُنَبِّئَنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ بِمَا عَمِلُواْ وَلَنُذِيقَنَّهُم مِّنۡ عَذَابٍ غَلِيظٖ ٥٠

[1] Ivyiza bivugwa ng'aha, ni amatungo, amagara meza, ubutegetsi n'ibindi.

51. Iyo rero Twebwe Allah, Duhaye umuntu inema zacu akaroranirwa mu buzima, aca ahindukira akagira amanyama. Iyo naho akozweko n'ikiza c'ubukene canke indwara n'ibindi, araheza agasaba Imana Allah ayitabaza ko Ikimukurako[1].

وَإِذَآ أَنْعَمْنَا عَلَى ٱلْإِنسَٰنِ أَعْرَضَ وَنَـَٔا بِجَانِبِهِۦ وَإِذَا مَسَّهُ ٱلشَّرُّ فَذُو دُعَآءٍ عَرِيضٍ ﴿٥١﴾

52. Ntumwa y'Imana! Bwira abahakana Qor'ani bivuye inyuma uti: "Nimumbwire, mu gihe iyi Qor'ani yoba yavuye ku Mana Allah hanyuma mukayigarariza, hari umuhuvyi yoza asumba mwebwe, akaba ari no mw'ihazana riri kure cane y'ukuri!

قُلْ أَرَءَيْتُمْ إِن كَانَ مِنْ عِندِ ٱللَّهِ ثُمَّ كَفَرْتُم بِهِۦ مَنْ أَضَلُّ مِمَّنْ هُوَ فِى شِقَاقٍۭ بَعِيدٍ ﴿٥٢﴾

53. Abahakana bivuye inyuma Aayah za Qor'ani, Tuzobereka ivyemezo vyacu mu biba mu turere dutandukanye[2], no mu biba mu kuntu bo nyene baremwe, gushika n'aho bamenya neza ata kwihenda ko Qor'ani ari ukuri kwahishuwe n'Imana Allah. Mbega ntivyari bikwiye kugira bemere Qor'ani n'uwayihishuriwe, kuba Imana yawe Rurema Allah ari Yo Ivyemeza[3], Ikaba ari na Yo Ibona neza ibikorwa vyose vy'ibiremwa, Ikazobibihembera!

سَنُرِيهِمْ ءَايَٰتِنَا فِى ٱلْءَافَاقِ وَفِىٓ أَنفُسِهِمْ حَتَّىٰ يَتَبَيَّنَ لَهُمْ أَنَّهُ ٱلْحَقُّ ۗ أَوَلَمْ يَكْفِ بِرَبِّكَ أَنَّهُۥ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ شَهِيدٌ ﴿٥٣﴾

54. Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri abagarariji, bafise amakenga mu kutemera ko bazohura n'Imana yabo Rurema Allah inyuma yo gupfa. Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri Imana Allah, mu bumenyi bwayo, Irakikuje ibintu vyose, nta na kimwe Itazi.

أَلَآ إِنَّهُمْ فِى مِرْيَةٍ مِّن لِّقَآءِ رَبِّهِمْ ۗ أَلَآ إِنَّهُۥ بِكُلِّ شَىْءٍ مُّحِيطٌۢ ﴿٥٤﴾

42. As-Shuuraa (Guhanuza)
Aayah 53, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Haa Miim[4].

حمٓ ﴿١﴾

2. Aiin Siin Qaaf[5].

عٓسٓقٓ ﴿٢﴾

3. Muvugishwamana! Imana Allah Yaguhishuriye iyi Qor'ani, nka kurya Yahishuriye Ibitabu n'Imizingo Abavugishwamana bo hambere yawe, ni Yo rero Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

كَذَٰلِكَ يُوحِىٓ إِلَيْكَ وَإِلَى ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِكَ ٱللَّهُ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٣﴾

[1] Umuntu amenya Imana Allah iyo ari mu magorwa, agaheza akayisaba; ariko iyo Igize ngo Iramukuye muri nya magorwa, aca ayigarariza akanayihambazako.
[2] Haba mu gutsinda kw'ubwislamu bukaganza ayandi madini canke mu bitangaro biba mu majuru no mw'isi.
[3] Nta cemezo coza gisumba icemezo gitanzwe n'Imana Allah.
[4] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'Igisomwa Al-Baqara.
[5] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'Igisomwa Al-Baqara.

لَهُۥ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلۡأَرۡضِۖ وَهُوَ ٱلۡعَلِيُّ ٱلۡعَظِيمُ ۝٤

4. Ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi, ni na Yo rero Nyenicubahiro-ntangere, Nyenicubahirogisumbavyose.

تَكَادُ ٱلسَّمَٰوَٰتُ يَتَفَطَّرۡنَ مِن فَوۡقِهِنَّۚ وَٱلۡمَلَٰٓئِكَةُ يُسَبِّحُونَ بِحَمۡدِ رَبِّهِمۡ وَيَسۡتَغۡفِرُونَ لِمَن فِي ٱلۡأَرۡضِۗ أَلَآ إِنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلۡغَفُورُ ٱلرَّحِيمُ ۝٥

5. Amajuru ahakwa gusadagurika akurikirana, ku kubera icubahiro aha Nyenimpuhwe; abamalayika na bo bakaninahaza mu gushimagiza Imana yabo Rurema Allah, bakanasabira abemeramana bari kw'isi, kugumirizwa akabanga ku vyaha vyabo, bikirengagizwa ntibabihanirwe. Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَٱلَّذِينَ ٱتَّخَذُواْ مِن دُونِهِۦٓ أَوۡلِيَآءَ ٱللَّهُ حَفِيظٌ عَلَيۡهِمۡ وَمَآ أَنتَ عَلَيۡهِم بِوَكِيلٖ ۝٦

6. Na barya bigiriye mu gishingo cayo imana zibahagarikira maze bakazisenga, nibamenye ko Imana Allah Ibungabunga ibikorwa vyabo kugira Izobibahanire ku musi w'izuka. Ntumwa y'Imana! Kira noneho, si wewe ujejwe guhagarikira ivyo bakoze ngo uzobibazwe, ahubwo ujejwe gusa kubagabisha ku bihano vyacu;

وَكَذَٰلِكَ أَوۡحَيۡنَآ إِلَيۡكَ قُرۡءَانًا عَرَبِيّٗا لِّتُنذِرَ أُمَّ ٱلۡقُرَىٰ وَمَنۡ حَوۡلَهَا وَتُنذِرَ يَوۡمَ ٱلۡجَمۡعِ لَا رَيۡبَ فِيهِۚ فَرِيقٞ فِي ٱلۡجَنَّةِ وَفَرِيقٞ فِي ٱلسَّعِيرِ ۝٧

7. Twebwe Allah, Twahishuriye Abavugishwamana bo hambere yawe; nk'uko Twaguhishuriye Qor'ani iri mu rurimi rw'icarabu, kugira ugabishe abantu b'i Makka n'abantu bo mu micungararo yaho, ku bihano vyo ku musi w'iyegeranywa, ari na wo musi w'izuka ry'ibiremwa, ata gisivya ko uzoshika. Abantu kuri uwo musi, bazoba bari mu migwi ibiri: umugwi wo mu Bwami bw'ijuru[1] n'umugwi wo mu muriro wama wegenyejwe[2].

وَلَوۡ شَآءَ ٱللَّهُ لَجَعَلَهُمۡ أُمَّةٗ وَٰحِدَةٗ وَلَٰكِن يُدۡخِلُ مَن يَشَآءُ فِي رَحۡمَتِهِۦۚ وَٱلظَّٰلِمُونَ مَا لَهُم مِّن وَلِيّٖ وَلَا نَصِيرٍ ۝٨

8. Iyo rero Imana Allah Ishaka ko abantu bose baba umugwi umwe w'abagororotsi, ni ukuri Yari kubigira ata camira. Ariko rero, Yashatse gushira mu mpuhwe zayo uwo Ishatse mu ntore z'ibiremwa. Abirenganije rero mw'ibangikanyamana, ntibazoronka umuhagarikizi n'umwe abakura mu bihano, eka mbere nta n'uwubatabara mu kubibakingira bazoronka.

أَمِ ٱتَّخَذُواْ مِن دُونِهِۦٓ أَوۡلِيَآءَۖ فَٱللَّهُ هُوَ ٱلۡوَلِيُّ وَهُوَ يُحۡيِ ٱلۡمَوۡتَىٰ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٞ ۝٩

9. Ahubwo rero, ababangikanyamana bigiriye mu gishingo c'Imana Allah, imana zibahagarikira maze barazisenga. Burya Imana Allah, ni Yo Muhagarikizi Ibwirijwe gusengwa no kwumvirwa n'ibiremwa, ni na Yo rero Izosubiza ubuzima abapfuye bakazuka, ni Yo rero kandi Mushoboravyose.

وَمَا ٱخۡتَلَفۡتُمۡ فِيهِ مِن شَيۡءٖ فَحُكۡمُهُۥٓ إِلَى

10. Bantu! Ico muhazanyeko cose mu bijanye n'idini, ingingo y'ukuri kuri co iva ku Mana Allah mu Gitabu cayo

[1] Uwo mugwi, ni uw'abantu bemeye Imana Allah bagakurikira n'ivyo bazaniwe n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

[2] Uwo mugwi, ni uw'abantu bagararije Imana Allah bagaca kubiri n'ivyo bazaniwe n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

no mu nyigisho z'Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Uyo Allah rero, ni Yo Mana yanje Rurema, ni kuri Yo nishimikiza nkayizera muri vyose, ni no kuri Yo ngaruka nkicisha bugufi;

ٱللَّهُ ذَٰلِكُمُ ٱللَّهُ رَبِّي عَلَيْهِ تَوَكَّلْتُ وَإِلَيْهِ أُنِيبُ ﴿١٠﴾

11. Ni Yo Rutanguzandemo Yaremye amajuru n'isi, Yabagiriye abakenyezi baremwe mu nkomoko yanyu nyene, Ibagirira no mu bitungwa bibiribibiri: igitsina-gabo n'igitsina-gore, kugira mwabirane maze mugwirirane biciye mu kuvyara, nta na kimwe rero gisa canke gisusa n'Imana Allah mu kuntu Iteye, mu mazina yayo, mu matazirano yayo no mu bikorwa vyayo. Ni Yo rero Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenukubona, Irabona neza ivyo mukora;

فَاطِرُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ جَعَلَ لَكُم مِّنْ أَنفُسِكُمْ أَزْوَٰجًا وَمِنَ ٱلْأَنْعَٰمِ أَزْوَٰجًا يَذْرَؤُكُمْ فِيهِ ۚ لَيْسَ كَمِثْلِهِۦ شَىْءٌ ۖ وَهُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلْبَصِيرُ ﴿١١﴾

12. Rugaba w'amajuru n'isi; Igaba Ikaganza impfunguruzo z'ibigega vy'impuhwe n'ibibeshaho ibiremwa, Ihereza uwo Ishatse muri vyo umusesekara w'ibimubeshaho, Ikanagerera uwo Ishatse muri vyo; mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikorwa vy'ibiremwa.

لَهُۥ مَقَالِيدُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۖ يَبْسُطُ ٱلرِّزْقَ لِمَن يَشَآءُ وَيَقْدِرُ ۚ إِنَّهُۥ بِكُلِّ شَىْءٍ عَلِيمٌ ﴿١٢﴾

13. Emwe bantu! Imana Allah Yabashingiye mw'idini ibwirizwa Yategetse Nuhu, akaba ari na ryo dini ry'ubwislamu Twebwe Allah Twaguhishuriye muri Qor'ani Ntumwa y'Imana, Turanariraga Ibrahimu, Musa na Isa[1]; Turanabasaba mwese ko mutsimbataza idini rishingiye ku gusenga Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa, maze mukaritsimbataza muticamwo imigwi. Irarikiramana ryanyu ryo gusenga Imana Imwe Rudende Allah, riraremera cane ababangikanyamana. Burya Imana Allah, Ihitamwo uwo Ishatse kugira abe Intumwa, Igashoboza kuyumvira uwugaruka kuri Yo akicisha bugufi.

۞ شَرَعَ لَكُم مِّنَ ٱلدِّينِ مَا وَصَّىٰ بِهِۦ نُوحًا وَٱلَّذِىٓ أَوْحَيْنَآ إِلَيْكَ وَمَا وَصَّيْنَا بِهِۦٓ إِبْرَٰهِيمَ وَمُوسَىٰ وَعِيسَىٰٓ ۖ أَنْ أَقِيمُوا۟ ٱلدِّينَ وَلَا تَتَفَرَّقُوا۟ فِيهِ ۚ كَبُرَ عَلَى ٱلْمُشْرِكِينَ مَا تَدْعُوهُمْ إِلَيْهِ ۚ ٱللَّهُ يَجْتَبِىٓ إِلَيْهِ مَن يَشَآءُ وَيَهْدِىٓ إِلَيْهِ مَن يُنِيبُ ﴿١٣﴾

14. Ababangikanyamana rero, ntibiciyemwo imigwimigwi, kiretse ko babigize ku kagagazo inyuma y'aho bashikiriwe n'ubumenyi hamwe n'ivyemezo vy'isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah. Ntumwa y'Imana! Iyo rero Imana yawe Rurema Allah Itaba Yaramaze gutanga isezerano ryo kudahonya abantu warungitsweko, mu kurindiriza ibihano vy'umwumwe wese mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni ukuri abagarariji muri bo bari guhanwa bagahona bose bakagoka, maze hagasigara abagororotsi gusa. Mu vy'ukuri, abatoranye Igitabu ca Tawurati n'Injili mu nyuma yabo, ni ukuri barafise amakenga mu kwemera kwabo, atuma bama bahazana kuri Qor'ani.

وَمَا تَفَرَّقُوٓا۟ إِلَّا مِنۢ بَعْدِ مَا جَآءَهُمُ ٱلْعِلْمُ بَغْيًۢا بَيْنَهُمْ ۚ وَلَوْلَا كَلِمَةٌ سَبَقَتْ مِن رَّبِّكَ إِلَىٰٓ أَجَلٍ مُّسَمًّى لَّقُضِىَ بَيْنَهُمْ ۚ وَإِنَّ ٱلَّذِينَ أُورِثُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ مِنۢ بَعْدِهِمْ لَفِى شَكٍّ مِّنْهُ مُرِيبٍ ﴿١٤﴾

[1] Izo, ni zo Ntumwa z'inararibonye zihambaye, zatewe n'iteka kurusha izindi "Ulu l'Azmi".

فَلِذَٰلِكَ فَٱدۡعُۖ وَٱسۡتَقِمۡ كَمَآ أُمِرۡتَۖ وَلَا تَتَّبِعۡ أَهۡوَآءَهُمۡۖ وَقُلۡ ءَامَنتُ بِمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ مِن كِتَٰبٖۖ وَأُمِرۡتُ لِأَعۡدِلَ بَيۡنَكُمُۖ ٱللَّهُ رَبُّنَا وَرَبُّكُمۡۖ لَنَآ أَعۡمَٰلُنَا وَلَكُمۡ أَعۡمَٰلُكُمۡۖ لَا حُجَّةَ بَيۡنَنَا وَبَيۡنَكُمُۖ ٱللَّهُ يَجۡمَعُ بَيۡنَنَاۖ وَإِلَيۡهِ ٱلۡمَصِيرُ ١٥

15. Ntumwa y'Imana! Ni kuri iryo dini ry'ubwislamu rero Imana Allah Yategetse Abavugishwamana, ukwiye kurarikira abantu ko barikurikira, uheze uritsimbatareko nk'uko wategetswe n'Imana Allah, kandi ntugakurikire namba ivyipfuzo vy'abafise amakenga mu kwemera, badatsimbataye kw'idini. Uraheza uvuge rero wemanga uti: "Naremeye Ibitabu vyose Imana Allah Yamanuriye Abavugishwamana; naranategetswe kubatunganiriza mu ngingo mfashe; Allah, ni Yo Mana yanje Ikaba n'Imana yanyu Rurema; tuzohemberwa ibikorwa vyiza twakoze, na mwe nyene muzohemberwa ibikorwa bibi mwakoze; nta n'impari canke urwanko rukwiye kuba hagati yacu inyuma y'aho ukuri kugaragariye; Imana Allah, Izotwegeranya ku musi w'izuka, kugira Iducire urugorororotse mu vyo duhazanako mw'idini; n'amaherezo yacu rero ni kuri Yo, kugira Ihembere umwumwe wese ibikwiranye n'ivyo yakoze".

وَٱلَّذِينَ يُحَآجُّونَ فِي ٱللَّهِ مِنۢ بَعۡدِ مَا ٱسۡتُجِيبَ لَهُۥ حُجَّتُهُمۡ دَاحِضَةٌ عِندَ رَبِّهِمۡ وَعَلَيۡهِمۡ غَضَبٞ وَلَهُمۡ عَذَابٞ شَدِيدٞ ١٦

16. Na barya baharira mu bijanye n'idini ry'ubwislamu, Imana Allah Yarungikanye Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), inyuma y'aho abantu bamwumviye bakaryinjira, ivyitwazo n'iharira vyabo ku Mana yabo Rurema Allah, bizobabera impfagusa, Iheze Ibashavurire mu buzima bwo kw'isi; baranategekanirijwe n'ibihano bikaze vy'umuriro mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

ٱللَّهُ ٱلَّذِيٓ أَنزَلَ ٱلۡكِتَٰبَ بِٱلۡحَقِّ وَٱلۡمِيزَانَۗ وَمَا يُدۡرِيكَ لَعَلَّ ٱلسَّاعَةَ قَرِيبٞ ١٧

17. Allah, ni Yo Mana Yamanuye vy'ukuri Igitabu ca Qor'ani, Imanura n'ibindi Bitabu, Imanura n'umunzane ari bwo butungane, kugira Icire abantu urugorororotse. Ntumwa y'Imana! Mbega, ni igiki cogutuma umenya koko ko umuhero w'isi uri hafi gushika!

يَسۡتَعۡجِلُ بِهَا ٱلَّذِينَ لَا يُؤۡمِنُونَ بِهَاۖ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مُشۡفِقُونَ مِنۡهَا وَيَعۡلَمُونَ أَنَّهَا ٱلۡحَقُّۗ أَلَآ إِنَّ ٱلَّذِينَ يُمَارُونَ فِي ٱلسَّاعَةِ لَفِي ضَلَٰلِۭ بَعِيدٍ ١٨

18. Abatemera umuhero w'isi, ni bo bihutira gusaba ko ushika vuba bwango; nayo abawemera, baragira impungenge n'ubwoba ku muzo wawo, barazi n'uko ari ukuri, utegerezwa gushika. Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, abaharira mu guhakana umuhero w'isi, bari mu muzimagiza uri kure cane y'ukuri.

ٱللَّهُ لَطِيفُۢ بِعِبَادِهِۦ يَرۡزُقُ مَن يَشَآءُۖ وَهُوَ ٱلۡقَوِيُّ ٱلۡعَزِيزُ ١٩

19. Allah, ni Yo Mana Rumenyi-Rudahishwa, Irazi neza ibintu vy'ingirakamaro ku baja bayo; Ironsa uwo Ishaka muri bo ibimubeshaho, Ikanagerera uwo Ishatse muri bo, ni na Yo rero Nyeninguvu, Nyenintsinzi-Mutaneshwa.

مَن كَانَ يُرِيدُ حَرۡثَ ٱلۡأٓخِرَةِ نَزِدۡ لَهُۥ فِي حَرۡثِهِۦۖ وَمَن كَانَ يُرِيدُ حَرۡثَ ٱلدُّنۡيَا نُؤۡتِهِۦ مِنۡهَا وَمَا لَهُۥ فِي ٱلۡأٓخِرَةِ مِن نَّصِيبٍ ٢٠

20. Uwushaka mu kwubahiriza kwiwe amabwirizwa y'idini, indishi yo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Tuzomwongerereza indishi y'ibikorwa vyiwe, maze iciza kimwe kigwizwe incuro cumi n'izirenga. Nayo uwushaka guhemberwa ibikorwa vyiwe ng'aha nyene kw'isi,

Tuzomuronsa ivyo Twamugeneye kw'isi, ariko mu buzima bw'inyuma yo gupfa, nta mugabane w'indishi azoronka.

أَمْ لَهُمْ شُرَكَٰٓؤُا۟ شَرَعُوا۟ لَهُم مِّنَ ٱلدِّينِ مَا لَمْ يَأْذَنۢ بِهِ ٱللَّهُ ۚ وَلَوْلَا كَلِمَةُ ٱلْفَصْلِ لَقُضِىَ بَيْنَهُمْ ۗ وَإِنَّ ٱلظَّٰلِمِينَ لَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٢١﴾

21. Ahubwo rero, ababangikanyamana bafise abo babangikanije mu buhuvyi bwabo, babashingira amabwirizwa mw'idini mu buryo butarekuwe n'Imana Allah! Iyo rero Imana Allah Itaba Yaramaze gutanga isezerano ryo kutihutira guhana ababangikanyamana, mu kurindiriza ibihano vy'umwumwe wese mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ni ukuri bari guhanwa bose bagahona bakagoka. Mu vy'ukuri abirenganya mu kugarariza, baratege kanirijwe ibihano bibabaza ku musi w'izuka.

تَرَى ٱلظَّٰلِمِينَ مُشْفِقِينَ مِمَّا كَسَبُوا۟ وَهُوَ وَاقِعٌۢ بِهِمْ ۗ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ فِى رَوْضَاتِ ٱلْجَنَّٰتِ ۖ لَهُم مَّا يَشَآءُونَ عِندَ رَبِّهِمْ ۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلْفَضْلُ ٱلْكَبِيرُ ﴿٢٢﴾

22. Ntumwa y'Imana! Kuri uyo musi rero, uzobona abirenganije mu bugarariji batekewe n'ubwoba ku kubera ibihano vy'ibibi bakoze kw'isi, kandi bategerezwa kuzobihanirwa. Uzobona n'abemeye Imana Allah bakanakora n'ivyiza bitegetswe, bari mu vyiza bisa, mu mirima n'amagorofa vyo mu Bwami bw'ijuru, bazoronswa ivyo bashaka vyose ku Mana yabo Rurema Allah. Iyo rero, ni yo mpano ihambaye;

ذَٰلِكَ ٱلَّذِى يُبَشِّرُ ٱللَّهُ عِبَادَهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ ۗ قُل لَّآ أَسْـَٔلُكُمْ عَلَيْهِ أَجْرًا إِلَّا ٱلْمَوَدَّةَ فِى ٱلْقُرْبَىٰ ۗ وَمَن يَقْتَرِفْ حَسَنَةً نَّزِدْ لَهُۥ فِيهَا حُسْنًا ۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ شَكُورٌ ﴿٢٣﴾

23. Iyo, ni yo nkuru nziza rero, Imana Allah Ishikiriza abaja bayo bayemeye bakiri kw'isi, bakanakora n'ivyiza bitegetswe. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana batemera umusi w'umuhero w'isi ko ubaho, uti: "Nta mpembo ndabasavye kw'ishikirizabutumwa ryanje, kiretse gusa urukundo no kwunga ubuvandimwe buri hagati yacu". Uwakoze iciza rero, Tuzokimuhembera kigwijwe incuro cumi n'izirenga. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere, Irababarira ivyaha vy'ibiremwa, Nyenindishi, Irabakirira ibikorwa Ikanabigwiriza indishi.

أَمْ يَقُولُونَ ٱفْتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا ۖ فَإِن يَشَإِ ٱللَّهُ يَخْتِمْ عَلَىٰ قَلْبِكَ ۗ وَيَمْحُ ٱللَّهُ ٱلْبَٰطِلَ وَيُحِقُّ ٱلْحَقَّ بِكَلِمَٰتِهِۦٓ ۚ إِنَّهُۥ عَلِيمٌۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ﴿٢٤﴾

24. Ahubwo rero, ababangikanyamana barinamura bakavuga ko Muhamadi arementaniriza Imana Allah mu kuvuga ko ari Yo Yamuhishuriye, kandi abesha. Ntumwa y'Imana! Biramutse bishitse ukarementaniriza Imana Allah, Ibishatse Yoca Itera ikimangu ku mutima wawe ntushobore kuyirementaniriza, maze Imana Allah Igahanagura ikinyoma, nya kinyoma kigakubitirwa ahashashe, maze ukuri kw'amajambo yayo atigera ahinduka kukiganza. Mu vy'ukuri, ni Yo Izi ibinyegejwe mu mishaha.

وَهُوَ ٱلَّذِى يَقْبَلُ ٱلتَّوْبَةَ عَنْ عِبَادِهِۦ وَيَعْفُوا۟ عَنِ ٱلسَّيِّـَٔاتِ وَيَعْلَمُ مَا تَفْعَلُونَ ﴿٢٥﴾

25. Imana Allah, ni Yo Yakira ukwigaya kw'abaja bayo iyo bagarutse kuri Yo Yonyene, Ikanababarira ibicumuro vyabo. Irazi rero n'ivyo mugira kw'isi, vyaba vyiza canke bibi.

26. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo, barumvira Imana Allah mu gukora ivyiza Ibategeka, Ikanabongerereza mu mpano zayo[1]. Abagararije Imana Allah n'Intumwa yayo na bo, barategekanirijwe ku musi w'izuka ibihano bikaze.

وَيَسْتَجِيبُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَيَزِيدُهُم مِّن فَضْلِهِۦۚ وَٱلْكَٰفِرُونَ لَهُمْ عَذَابٌ شَدِيدٌ ﴿٢٦﴾

27. Iyo Imana Allah Ironsa abaja bayo umusesekara w'ibibabeshaho, ni ukuri bogenjejwe n'ubwononyi mu kwishima ku bandi, ariko rero Imana Allah Ibamanurira ibibabeshaho ku rugezo rw'ivyo Ishatse, bibakwiye. Mu vy'ukuri Imana Allah rero, ni Muhetuziwavyose, Irazi neza ibikenewe n'abaja bayo; Nyenukubona, Irabona neza ubuzima babayemwo.

۞وَلَوْ بَسَطَ ٱللَّهُ ٱلرِّزْقَ لِعِبَادِهِۦ لَبَغَوْاْ فِى ٱلْأَرْضِ وَلَٰكِن يُنَزِّلُ بِقَدَرٍ مَّا يَشَآءُۚ إِنَّهُۥ بِعِبَادِهِۦ خَبِيرٌۢ بَصِيرٌ ﴿٢٧﴾

28. Ni na Yo Ituma imvura igwa ivuye mu bicu izananye mu kirere, maze abantu bakabukura mu cibo inyuma y'aho bari bamaze kwihebura ko ijuru ryataze, Igaheza Igakwiragiza impuhwe zayo ku biremwa; ni Yo rero Muhagarikizi, Ibungabunga abaja bayo mu bugwaneza; Nyenugushimwa, Ishimirwa kw'itunganywa ry'ivyerekeye ibiremwa.

وَهُوَ ٱلَّذِى يُنَزِّلُ ٱلْغَيْثَ مِنۢ بَعْدِ مَا قَنَطُواْ وَيَنشُرُ رَحْمَتَهُۥۚ وَهُوَ ٱلْوَلِىُّ ٱلْحَمِيدُ ﴿٢٨﴾

29. Biri no mu vyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, iremwa ry'amajuru n'isi mu buryo butangaje, hamwe rero n'ibiremwa bigendagenda vy'ubwoko butandukanye, Yakwiragije muri nya majuru n'isi. Ni na Yo rero mu gihe Yoshaka, Ishoboye kuvyegeranya ku musi w'izuka kandi vyaramaze gupfa.

وَمِنْ ءَايَٰتِهِۦ خَلْقُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَمَا بَثَّ فِيهِمَا مِن دَآبَّةٍۚ وَهُوَ عَلَىٰ جَمْعِهِمْ إِذَا يَشَآءُ قَدِيرٌ ﴿٢٩﴾

30. Emwe bantu! Nta kiza kibashikira, haba mw'idini canke mu vy'isi, kiretse ko giterwa n'ivyaha hamwe n'ibicumuro mwebwe nyene mwakoze, kandi burya Imana Allah, Iranirengagiza mu kutabahanira vyinshi mu bicumuro vyanyu.

وَمَآ أَصَٰبَكُم مِّن مُّصِيبَةٍ فَبِمَا كَسَبَتْ أَيْدِيكُمْ وَيَعْفُواْ عَن كَثِيرٍ ﴿٣٠﴾

31. Kandi rero, mwebwe ntimwonanira Imana Allah ngo muronke aho muyihungira kw'isi. Nta n'umwe mworonka atari Imana Allah yobahagarikira akabatunganiriza ivyanyu, ntimworonka n'umuhagarikizi abakura mu bihano, eka mbere nta n'uwubatabara mu kubibakingira mworonka.

وَمَآ أَنتُم بِمُعْجِزِينَ فِى ٱلْأَرْضِ وَمَا لَكُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ مِن وَلِىٍّ وَلَا نَصِيرٍ ﴿٣١﴾

32. Biri no mu vyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, kubona ubwato bungana umusozi bugendera mw'ibahari;

وَمِنْ ءَايَٰتِهِ ٱلْجَوَارِ فِى ٱلْبَحْرِ كَٱلْأَعْلَٰمِ ﴿٣٢﴾

33. Mu gihe rero Imana Allah Ituma bugendera mw'ibahari Yoshaka, Yohagarika umuyaga ubusunika, maze bukaguma aho buri, ntibushobore kugenda. Mu vy'ukuri mw'igendera ry'ubwato mw'ibahari n'ihagarara ryabwo mu gihe ata muyaga ubusunitse, ni ukuri harimwo ivyemezo

إِن يَشَأْ يُسْكِنِ ٱلرِّيحَ فَيَظْلَلْنَ رَوَاكِدَ عَلَىٰ ظَهْرِهِۦٓۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّكُلِّ صَبَّارٍ شَكُورٍ ﴿٣٣﴾

[1] Nko gushobozwa mu bikorwa no kugwirizwa indishi, n'ibindi.

vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, ku wihanganira ivyagezwe kuri we, agakora ivyiza akareka no gucumura mu bugamburutsi nta ngere, ashima inema n'impano vyayo;

أَوْ يُوبِقْهُنَّ بِمَا كَسَبُواْ وَيَعْفُ عَن كَثِيرٍ ﴿٣٤﴾

34. Canke Yoshaka, Yotuma nya bwato butwarwa bukibira bitewe n'ivyaha vya bene bwo. Kandi burya Imana Allah, Iranirengagiza mu kutabahanira vyinshi mu bicumuro vyabo.

وَيَعْلَمَ ٱلَّذِينَ يُجَٰدِلُونَ فِيٓ ءَايَٰتِنَا مَا لَهُم مِّن مَّحِيصٍ ﴿٣٥﴾

35. Abaharira mu bijanye na Aayah za Qor'ani n'ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende, nta buhungiro bafise bwo guhunga ibihano vy'Imana Allah.

فَمَآ أُوتِيتُم مِّن شَىْءٍ فَمَتَٰعُ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا ۖ وَمَا عِندَ ٱللَّهِ خَيْرٌ وَأَبْقَىٰ لِلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَلَىٰ رَبِّهِمْ يَتَوَكَّلُونَ ﴿٣٦﴾

36. Emwe bantu! Ivyo muronswa rero mu matungo n'abana, n'ibindi, ni ibihendamaso vyo kuryoherwa akanya gato gusa mu buzima bwo kw'isi; nayo ibiri ku Mana Allah mu nema zo mu Bwami bw'ijuru, ni vyo vyiza cane kandi vyamaho ku bemera Imana Allah n'Intumwa zayo, bakishimikiza ku Mana yabo Rurema Allah, bakayizera;

وَٱلَّذِينَ يَجْتَنِبُونَ كَبَٰٓئِرَ ٱلْإِثْمِ وَٱلْفَوَٰحِشَ وَإِذَا مَا غَضِبُواْ هُمْ يَغْفِرُونَ ﴿٣٧﴾

37. Na barya birinda gukora ivyaha rutura, bakirinda na canecane gukora ivyaha vy'agahomerabunwa[1]; n'iyo bashavujwe n'uwubagiriye nabi, baratsinda ishavu bagaheza bakamubabarira ku bw'Imana Allah;

وَٱلَّذِينَ ٱسْتَجَابُواْ لِرَبِّهِمْ وَأَقَامُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَأَمْرُهُمْ شُورَىٰ بَيْنَهُمْ وَمِمَّا رَزَقْنَٰهُمْ يُنفِقُونَ ﴿٣٨﴾

38. Na barya bumvira Imana yabo Rurema Allah, maze bakayisenga ari Imwe Rudende, bagatsimbataza ku mwanya amasengesho akwije ibisabwa; bashaka gukora ikintu ico ari co cose bakabanza guhanurana hagati yabo; no mu matungo Twabaronkeje baratanga ishikanwa-bwirizwa hamwe n'imperezwa, bagatanga no mu bindi bikorwa vy'igamburukiramana;

وَٱلَّذِينَ إِذَآ أَصَابَهُمُ ٱلْبَغْىُ هُمْ يَنتَصِرُونَ ﴿٣٩﴾

39. Na barya, iyo barenganijwe birwanako ata we badendereje ngo barenze urugezo rwo kwihora mu guhabuza agateka kabo;

وَجَزَٰٓؤُاْ سَيِّئَةٍ سَيِّئَةٌ مِّثْلُهَا ۖ فَمَنْ عَفَا وَأَصْلَحَ فَأَجْرُهُۥ عَلَى ٱللَّهِ ۚ إِنَّهُۥ لَا يُحِبُّ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٤٠﴾

40. Ingere y'ikibi, ni ikibi ku kindi, uwukoze ikibi akagihanirwa ku rugezo rw'ingere ku yindi; uwubabariye uwamukoreye ikibi na we akareka kwihora, maze nya kibi akakiguza ingere y'iciza ku bw'Imana Allah, uyo rero indishi yiwe ayizeye ku Mana Allah. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntikunda namba abarenganya mu gusomborotsa abandi.

وَلَمَنِ ٱنتَصَرَ بَعْدَ ظُلْمِهِۦ فَأُوْلَٰٓئِكَ مَا عَلَيْهِم مِّن سَبِيلٍ ﴿٤١﴾

41. Ni ukuri, abirwanyeko mu guhabuza agateka kabo, maze bakihora inyuma yo kurenganywa, abo nta caha namba kiri kuri bo.

[1] Nko gusambana hagati y'umugore n'umugabo canke hagati y'abasangiye ibitsina, ukwagiriza umuntu ubusambanyi ata cemeza gihari, n'ibindi.

42. Mu vy'ukuri, icaha kiri kuri barya barenganya abandi mu kurenza urugezo rwo kwihora, maze bagatandukira n'ivyo batarekuriwe mu kugenzwa n'ubwononyi kw'isi. Abo, ni bo rero bagenewe ibihano bibabaza ku musi w'izuka.

إِنَّمَا ٱلسَّبِيلُ عَلَى ٱلَّذِينَ يَظْلِمُونَ ٱلنَّاسَ وَيَبْغُونَ فِى ٱلْأَرْضِ بِغَيْرِ ٱلْحَقِّ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ لَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٤٢﴾

43. Ni ukuri, uwihanganiye ikibi akorewe, maze akababarira uwakimukoreye, mu vy'ukuri iryo babarira ryiwe, ni ukuri riri mu bintu bihambaye bishimwa n'Imana Allah.

وَلَمَن صَبَرَ وَغَفَرَ إِنَّ ذَٰلِكَ لَمِنْ عَزْمِ ٱلْأُمُورِ ﴿٤٣﴾

44. Uwubaye intumva rero, Imana Allah Ikamuhubisha inzira kubera ubutumva bwiwe mu kurenganya abandi, ntashobora kuronka umuhagarikizi n'umwe amurongora mu nzira yayo. Ntumwa y'Imana! Ku musi w'izuka, uzobona abirenganije mu bugarariji igihe babonye ibihano bibarindiriye, batakambira Imana Allah, bicuza bavuga bati: "Ubwo nta kuntu twosubizwa kw'isi tugaheza tukakwumvira ga Mana!". Ico gihe rero, ntibazokwumvirwa namba;

وَمَن يُضْلِلِ ٱللَّهُ فَمَا لَهُۥ مِن وَلِىٍّ مِّنۢ بَعْدِهِۦ ۗ وَتَرَى ٱلظَّٰلِمِينَ لَمَّا رَأَوُا۟ ٱلْعَذَابَ يَقُولُونَ هَلْ إِلَىٰ مَرَدٍّ مِّن سَبِيلٍ ﴿٤٤﴾

45. Uzobabona rero berekwa umuriro udahera, batanakakaza ku guteterwa n'ubwoba n'akantu, bahumaguza mu kuwuraba badashoboye kuwuhanga ijisho. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo, aho bari mu Bwami bw'ijuru, bamaze kubona ivyashikiye abagarariji, bazovuga bati: "Mu vy'ukuri, abahomvye nya guhomba, ni abahomvye ubuzima bwabo hamwe n'ababo mu kwinjira mu muriro udahera ku musi w'izuka". Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri abirenganije mu bugarariji, ku musi w'izuka bazoba bari mu bihano vyamaho ata gutezurirwa.

وَتَرَىٰهُمْ يُعْرَضُونَ عَلَيْهَا خَٰشِعِينَ مِنَ ٱلذُّلِّ يَنظُرُونَ مِن طَرْفٍ خَفِىٍّ ۗ وَقَالَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ إِنَّ ٱلْخَٰسِرِينَ ٱلَّذِينَ خَسِرُوٓا۟ أَنفُسَهُمْ وَأَهْلِيهِمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ ۗ أَلَآ إِنَّ ٱلظَّٰلِمِينَ فِى عَذَابٍ مُّقِيمٍ ﴿٤٥﴾

46. Abagarariji rero, igihe Imana Allah Yabahanye ku musi w'izuka, ntibazoronka n'umwe mu bahagarikizi yobakingira ibihano vyayo. Uwubaye intumva rero, Imana Allah Ikamuhubisha inzira kubera ubutumva bwiwe, ntazoronka inzira kw'isi imushikana ku kuri, nkeswe rero iyomushikana mu Bwami bw'ijuru.

وَمَا كَانَ لَهُم مِّنْ أَوْلِيَآءَ يَنصُرُونَهُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ ۗ وَمَن يُضْلِلِ ٱللَّهُ فَمَا لَهُۥ مِن سَبِيلٍ ﴿٤٦﴾

47. Bagarariji! Enda rero nyabuna nimwumvire Imana yanyu Rurema Allah, maze muyemere imbere yuko umusi w'izuka ata kizowuhagarika, ushika. Kuri uwo musi rero, nta buhungiro muzoronka bwo guhunga ibihano vy'Imana Allah, eka mbere nta n'aho kwinyegeza muzoronka[1];

ٱسْتَجِيبُوا۟ لِرَبِّكُم مِّن قَبْلِ أَن يَأْتِىَ يَوْمٌ لَّا مَرَدَّ لَهُۥ مِنَ ٱللَّهِ ۚ مَا لَكُم مِّن مَّلْجَإٍ يَوْمَئِذٍ وَمَا لَكُم مِّن نَّكِيرٍ ﴿٤٧﴾

48. Ntumwa y'Imana! Nibirengagiza kwemera Imana Allah, uramenya ko Tutakurungitse kugira ubazwe ku bijanye n'ibungabungwa ry'ibikorwa vyabo, ku buryo

فَإِنْ أَعْرَضُوا۟ فَمَآ أَرْسَلْنَٰكَ عَلَيْهِمْ حَفِيظًا ۖ إِنْ عَلَيْكَ إِلَّا ٱلْبَلَٰغُ ۗ وَإِنَّآ إِذَآ أَذَقْنَا

[1] Iyi Aayah, iranebagura umuntu asivya ico yokoze uno musi ngo nzogikora ejo; ikanahimiriza umuntu guhurumbira ibikorwa vyiza hakiri kare, kugira ntazokwicuze ata co agishoboye gucungura (kurokora).

ubahatira ukwemera, nta co ujejwe atari ishikirizabutumwa gusa. Mu vy'ukuri, iyo Twebwe Allah Duhaye umuntu ubutunzi n'ibindi ku mpuhwe zivuye iwacu maze akaroranirwa, aranezerwa n'akamwemwe kakamusya; iyo naho ashikiwe n'ikiza c'ubukene canke indwara, bitewe n'ivyaha n'ibicumuro abantu bakora, ni ukuri umuntu aca yihakana inema, akidodomba nk'aho atigeze aroranirwa na rimwe.

وَإِنَّآ إِذَآ أَذَقْنَا ٱلْإِنسَٰنَ مِنَّا رَحْمَةً فَرِحَ بِهَا ۖ وَإِن تُصِبْهُمْ سَيِّئَةٌۢ بِمَا قَدَّمَتْ أَيْدِيهِمْ فَإِنَّ ٱلْإِنسَٰنَ كَفُورٌ ﴿٤٨﴾

49. Imana Allah, ni Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo. Irema ivyo Ishatse; Ironsa uwo Ishatse mu baja bayo, abana b'abahungu gusa; Ikaronsa uwo Ishatse muri bo, abana b'abakobwa gusa;

لِلَّهِ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ يَخْلُقُ مَا يَشَآءُ ۚ يَهَبُ لِمَن يَشَآءُ إِنَٰثًا وَيَهَبُ لِمَن يَشَآءُ ٱلذُّكُورَ ﴿٤٩﴾

50. Canke Ikaronsa uwo Ishatse muri bo uruvange rw'abahungu n'abakobwa; Ikanagira uwo Ishatse muri bo rero ingumba. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ico Iremye; Mushoboravyose.

أَوْ يُزَوِّجُهُمْ ذُكْرَانًا وَإِنَٰثًا ۖ وَيَجْعَلُ مَن يَشَآءُ عَقِيمًا ۚ إِنَّهُۥ عَلِيمٌ قَدِيرٌ ﴿٥٠﴾

51. Nta ho vyakabaye ko haba umuntu avugana n'Imana Allah amaso mu yandi, kiretse ko Imuhishurira; canke akavugana na Yo inyuma y'ipaziya, nka kurya Yavuganye na Musa; canke Ikamurungikira Intumwa Jibrili, maze ikamuhishurira ku burenganzira bwayo ivyo Ishaka kumuhishurira[1]. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenicubahiro-ntangere[2], Intungane mu vyo Ikora.

۞ وَمَا كَانَ لِبَشَرٍ أَن يُكَلِّمَهُ ٱللَّهُ إِلَّا وَحْيًا أَوْ مِن وَرَآئِ حِجَابٍ أَوْ يُرْسِلَ رَسُولًا فَيُوحِىَ بِإِذْنِهِۦ مَا يَشَآءُ ۚ إِنَّهُۥ عَلِىٌّ حَكِيمٌ ﴿٥١﴾

52. Muvugishwamana! Twaguhishuriye Qor'ani ivuye iwacu, nka kurya Twahishuriye Abavugishwamana bo hambere yawe; imbere y'iryo hishurirwa rero, ntiwari uzi Ibitabu bahishuriwe, eka mbere ntiwari uzi n'ukwemera canke amabwirizwa ico ari co! Ariko rero, Twagize Qor'ani kuba umuco Turongoza uwo Dushatse muri bo mu nzira igororotse. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri wewe, uratomorera abantu ibibashikana mu nzira igororotse y'ubwislamu;

وَكَذَٰلِكَ أَوْحَيْنَآ إِلَيْكَ رُوحًا مِّنْ أَمْرِنَا ۚ مَا كُنتَ تَدْرِى مَا ٱلْكِتَٰبُ وَلَا ٱلْإِيمَٰنُ وَلَٰكِن جَعَلْنَٰهُ نُورًا نَّهْدِى بِهِۦ مَن نَّشَآءُ مِنْ عِبَادِنَا ۚ وَإِنَّكَ لَتَهْدِىٓ إِلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٥٢﴾

53. Inzira ibashikana ku Mana Allah, Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi vyose, nta we Ibangikanije muri vyo. Bantu, nimwumve mwumvireho! Ni ku Mana Allah ibiremwa vyose bizosubira kugira Ihembe kimwekimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye.

صِرَٰطِ ٱللَّهِ ٱلَّذِى لَهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ۗ أَلَآ إِلَى ٱللَّهِ تَصِيرُ ٱلْأُمُورُ ﴿٥٣﴾

[1] Iyi Aayah, ni icemezo c'uko Imana Allah Ivuga mu buryo buberanye n'icubahiro cayo.
[2] Mu kuntu Iteye, mu mazina yayo, mu matazirano yayo no mu bikorwa vyayo.

43. Az-Zukhruf (Ibisharizo vy'isi)
Aayah 89, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

حمٓ ١

1. Haa Miim[1].

وَٱلْكِتَٰبِ ٱلْمُبِينِ ٢

2. Jewe Allah, Ndarahiye ku Gitabu ca Qor'ani gitomoye neza mu nsiguro, mu ngingo z'ibirekuwe n'ibizira no mu burongozi bwaco!

إِنَّا جَعَلْنَٰهُ قُرْءَٰنًا عَرَبِيًّا لَّعَلَّكُمْ تَعْقِلُونَ ٣

3. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twakimanuye mu rurimi rw'icarabu kugira mutahure, muzirikane, muheze munyurwe n'ivyemezo vyaco;

وَإِنَّهُۥ فِىٓ أُمِّ ٱلْكِتَٰبِ لَدَيْنَا لَعَلِىٌّ حَكِيمٌ ٤

4. Mu vy'ukuri, Qor'ani isanzwe iri mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudhw" kibungabunzwe iwacu. Ni ukuri, iratewe iteka nta ngere, irakingiwe; ntivuguruzanya, ntigiramwo igihushane.

أَفَنَضْرِبُ عَنكُمُ ٱلذِّكْرَ صَفْحًا أَن كُنتُمْ قَوْمًا مُّسْرِفِينَ ٥

5. Mbega burya, Twokwirengagiza kubamanurira urwibutso rwa Qor'ani, ku kuba muyirengagiza, mukagenzwa n'ubwononyi bwo kutayemera!

وَكَمْ أَرْسَلْنَا مِن نَّبِىٍّ فِى ٱلْأَوَّلِينَ ٦

6. Muvugishwamana! Hari benshi mu Bavugishwamana Twarungitse ku bantu bo hambere y'abo warungitsweko;

وَمَا يَأْتِيهِم مِّن نَّبِىٍّ إِلَّا كَانُوا۟ بِهِۦ يَسْتَهْزِءُونَ ٧

7. Nta Muvugishwamana yabashikira, kiretse ko bamuteburako nk'itebura ry'abo warungitsweko;

فَأَهْلَكْنَآ أَشَدَّ مِنْهُم بَطْشًا وَمَضَىٰ مَثَلُ ٱلْأَوَّلِينَ ٨

8. Ni ho rero Twebwe Allah, Twahonya muri bo abimonogoje gusumba abandi mu guhakana bivuye inyuma Abavugishwamana bacu; abo bahakanyi bari n'abantu bafise inguvu n'ingabo gusumba abo warungitsweko. Ihonywa ryabo rero, ryagiye mu ngiro kubera ubugarariji n'itebura vyabo[2].

وَلَئِن سَأَلْتَهُم مَّنْ خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ لَيَقُولُنَّ خَلَقَهُنَّ ٱلْعَزِيزُ ٱلْعَلِيمُ ٩

9. Ntumwa y'Imana! No mu gihe woramuka ubajije ababangikanyamana uti: "Mbega, ni nde Yaremye amajuru n'isi!". Ni ukuri, bazokwishura ata guhigimanga bati: "Vyaremwe na Allah Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenubumenyikurivyose";

ٱلَّذِى جَعَلَ لَكُمُ ٱلْأَرْضَ مَهْدًا وَجَعَلَ لَكُمْ فِيهَا سُبُلًا لَّعَلَّكُمْ تَهْتَدُونَ ١٠

10. Ni Yo Yabagiriye isi kuba isaso kugira mworoherwe kuyibako; Iyibaciramwo n'inzira kugira mwishire mwizane, mu kurondera ivyobagirira akamaro kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

---

[2] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'Igisomwa Al-Baqara.

[1] Iyi Aayah, irahumuriza igatera n'intege Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

11. Ni Yo Yatumye hagwa imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, ku rugero ruzwi kandi rukenewe. Turaheza rero Twebwe Allah, Dutotahaza akarere k'isi hakoreshejwe amazi ya nya mvura, inyuma yo kugaduka karaheza karamera. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Dutotahaza akarere k'isi kamaze kugaduka kagasubira kumera - Tuzobazura mukava mu kuzimu muri bazima.

وَٱلَّذِى نَزَّلَ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءًۢ بِقَدَرٍ فَأَنشَرْنَا بِهِۦ بَلْدَةً مَّيْتًا ۚ كَذَٰلِكَ تُخْرَجُونَ ﴿١١﴾

12. Ni Yo Yabaremeye ubwoko bwose butandukanye bw'ibikoko n'ibiterwa, Iraheza Ibagirira mu bwato ico mwiyunguruzamwo mw'ibahari, n'ivyo mwiyunguruzako imusozi mu bitungwa; nk'ingamiya, ifarasi, indogobwe, n'ibindi;

وَٱلَّذِى خَلَقَ ٱلْأَزْوَٰجَ كُلَّهَا وَجَعَلَ لَكُم مِّنَ ٱلْفُلْكِ وَٱلْأَنْعَٰمِ مَا تَرْكَبُونَ ﴿١٢﴾

13. Kugira ngo mumaze kuvyurira mugaturura kuri vyo, muheze mwibuke inema y'Imana yanyu Rurema Allah, muce muvuga muyininahaza muti: "Nihashimagizwe Imana Allah, Yo Yatworohereje kwiyunguruza muri ubu buryo, mu gihe tutari kwishoboza kubwiyunguruzamwo";

لِتَسْتَوُۥا۟ عَلَىٰ ظُهُورِهِۦ ثُمَّ تَذْكُرُوا۟ نِعْمَةَ رَبِّكُمْ إِذَا ٱسْتَوَيْتُمْ عَلَيْهِ وَتَقُولُوا۟ سُبْحَٰنَ ٱلَّذِى سَخَّرَ لَنَا هَٰذَا وَمَا كُنَّا لَهُۥ مُقْرِنِينَ ﴿١٣﴾

14. Mwongere muvuge muti: "Mu vy'ukuri twese, impera n'imperuka tuzosubira ku Mana yacu Rurema Allah[1]".

وَإِنَّآ إِلَىٰ رَبِّنَا لَمُنقَلِبُونَ ﴿١٤﴾

15. Ababangikanyamana, bageneye Imana Allah umugabane mu biremwa vyayo, mu kwubahuka kuvuga ko abamalayika ari abana bayo b'abakobwa. Mu vy'ukuri umuntu, ni ukuri arahakana inema z'Imana Allah akimonogoza, akagaragaza ubuhakanyi bwiwe mu kwidodombera ibiza, akiyibagiza inema.

وَجَعَلُوا۟ لَهُۥ مِنْ عِبَادِهِۦ جُزْءًا ۚ إِنَّ ٱلْإِنسَٰنَ لَكَفُورٌ مُّبِينٌ ﴿١٥﴾

16. Babangikanyamana! Ahubwo rero, bishoboka gute ko Imana Allah Yigenera mu vyo Yaremye abana b'abakobwa, maze mwebwe Ikabahitiramwo abana b'abahungu!

أَمِ ٱتَّخَذَ مِمَّا يَخْلُقُ بَنَاتٍ وَأَصْفَىٰكُم بِٱلْبَنِينَ ﴿١٦﴾

17. Iyo umwe muri bo ahawe inkuru yuko yibarutse umwana w'umukobwa, ari na we bomekera kuri Nyenimpuhwe, uwo musi yirigwa yijiriwe, yishwe n'intuntu n'akantu ku kwanka kwibaruka umukobwa.

وَإِذَا بُشِّرَ أَحَدُهُم بِمَا ضَرَبَ لِلرَّحْمَٰنِ مَثَلًا ظَلَّ وَجْهُهُۥ مُسْوَدًّا وَهُوَ كَظِيمٌ ﴿١٧﴾

18. Karashize ingani, mwubahuke kwomekera ku Mana Allah, uwurerewe mu kwamikara ashaza, akaba no mu gihe c'impari adashoboye gutomora ivyemezo kuko yakuriye mu gushaza yorohewe!

أَوَمَن يُنَشَّؤُا۟ فِى ٱلْحِلْيَةِ وَهُوَ فِى ٱلْخِصَامِ غَيْرُ مُبِينٍ ﴿١٨﴾

19. Ababangikanyamana, barakanagara bakita abamalayika basanzwe ari abaja ba Nyenimpuhwe, abakobwa! Mbega igihe c'iremwa ry'abamalayika, ni ho bari bari ngo babe ivyabona ko baremwe ari abakobwa!

وَجَعَلُوا۟ ٱلْمَلَٰٓئِكَةَ ٱلَّذِينَ هُمْ عِبَٰدُ ٱلرَّحْمَٰنِ إِنَٰثًا ۚ أَشَهِدُوا۟ خَلْقَهُمْ ۚ سَتُكْتَبُ شَهَٰدَتُهُمْ وَيُسْـَٔلُونَ ﴿١٩﴾

[1] Iki gisabisho, ni kimwe mu vyerekana ko Imana Allah Ironsa ibiremwa inema zitandukanye, n'uko ari Yo rero Ikwiye kwiyegerezwa mu gusengwa mu bihe vyose Itabangikanywa.

Ukwemeza kwabo ivyo, kuzokwandikwa maze bakubazwe ku musi w'izuka;

20. Baranavuze bati: "Iyo Nyenimpuhwe Ashaka, ntitwari gusenga na kimwe mu gishingo ciwe[1]". Banguha! Nta cemezo bafise gishingiye ku bumenyi cemeza ivyo bavuga, bapfa kuvuga ibisunitswe n'impwemu, batanafitiye ivyemezo bivuye ku Mana Allah.

وَقَالُواْ لَوۡ شَآءَ ٱلرَّحۡمَٰنُ مَا عَبَدۡنَٰهُمۡۗ مَّا لَهُم بِذَٰلِكَ مِنۡ عِلۡمٍۖ إِنۡ هُمۡ إِلَّا يَخۡرُصُونَ ٢٠

21. None, igihe c'iremwa ry'abamalayika, ni ho bari bari! Canke Twoba Twarabahaye Igitabu imbere y'ihishurwa rya Qor'ani Twamanuye, kikaba ari co bisunga mu kwemeza ko abamalayika baremwe ari abakobwa!

أَمۡ ءَاتَيۡنَٰهُمۡ كِتَٰبٗا مِّن قَبۡلِهِۦ فَهُم بِهِۦ مُسۡتَمۡسِكُونَ ٢١

22. Ahubwo mbere bavuze bati: "Twebwe mu vy'ukuri, twasanze abavyeyi bacu bubahiriza iri dini; mu vy'ukuri rero, na twe twubahiriza iragi badusigiye".

بَلۡ قَالُوٓاْ إِنَّا وَجَدۡنَآ ءَابَآءَنَا عَلَىٰٓ أُمَّةٖ وَإِنَّا عَلَىٰٓ ءَاثَٰرِهِم مُّهۡتَدُونَ ٢٢

23. Ntumwa y'Imana! Ni uko rero, si wewe ubaye uwa mbere, ntitwigeze Turungika hambere yawe, Umugabisha n'umwe ku bantu bo mu gacimbiri kanaka, kugira abagabishe ku bihano vyacu, kiretse ko abatewe iteka muri bo ryo kworoherwa mu buzima, baca bavuga bati: "Mu vy'ukuri twebwe, twasanze abavyeyi bacu bubahiriza iri dini; mu vy'ukuri rero, na twe twubahiriza iragi badusigiye".

وَكَذَٰلِكَ مَآ أَرۡسَلۡنَا مِن قَبۡلِكَ فِي قَرۡيَةٖ مِّن نَّذِيرٍ إِلَّا قَالَ مُتۡرَفُوهَآ إِنَّا وَجَدۡنَآ ءَابَآءَنَا عَلَىٰٓ أُمَّةٖ وَإِنَّا عَلَىٰٓ ءَاثَٰرِهِم مُّقۡتَدُونَ ٢٣

24. Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), hamwe n'izindi Ntumwa zo hambere yiwe, zabwiye abitwaza ko bubahiriza idini barazwe n'abavyeyi babo, ziti: "Mbega, mwubahiriza ivyo mwarazwe n'abavyeyi banyu, n'aho nobazanira ibibarongora mu nzira nziza ibereye gusumba idini mwarazwe na bo!". Na bo baca binamura n'amanyama n'akantu bakishura bati: "Twebwe mu vy'ukuri, turiyamirije ivyo mwarungikanwe".

۞قَلَ أَوَلَوۡ جِئۡتُكُم بِأَهۡدَىٰ مِمَّا وَجَدتُّمۡ عَلَيۡهِ ءَابَآءَكُمۡۖ قَالُوٓاْ إِنَّا بِمَآ أُرۡسِلۡتُم بِهِۦ كَٰفِرُونَ ٢٤

25. Kubera igarariza ryabo ry'Intumwa rero, Twarabihoye maze Tubahana mu kubafuririra mu kuzimu, canke mu kubasomesha nturi, n'ibindi. Ntumwa y'Imana! Ehe raba rero, ukuntu iherezo ry'abirenganije ku guhakana bivuye inyuma Aayah z'Imana Allah n'Intumwa zayo, ryagenze!

فَٱنتَقَمۡنَا مِنۡهُمۡۖ فَٱنظُرۡ كَيۡفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلۡمُكَذِّبِينَ ٢٥

26. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Ibrahimu yabwira se wiwe hamwe n'abantu biwe yarungitsweko, babangikanya Imana Allah nk'abo warungitsweko, ati: "Mu vy'ukuri jewe, nditandukanije n'ivyo musenga vyose;

وَإِذۡ قَالَ إِبۡرَٰهِيمُ لِأَبِيهِ وَقَوۡمِهِۦٓ إِنَّنِي بَرَآءٞ مِّمَّا تَعۡبُدُونَ ٢٦

27. Kiretse gusa Imana Allah Yandemye, ni Yo Inshoboza gukurikira inzira nziza ibereye".

إِلَّا ٱلَّذِي فَطَرَنِي فَإِنَّهُۥ سَيَهۡدِينِ ٢٧

[1] Icitwazo c'ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo mu kubangikanya Imana Allah, nta shingiro namba gifise, kuko Imana Allah Yararungitse Intumwa, Izimanurira n'Ibitabu kugira zishikirize ibiremwa ubutumwa bw'Imana Allah butomoye.

28. Ibrahimu rero yatumye ijambo “LAA ILAAHA ILLA LLAAH” rishimangira ugusenga Imana Imwe Rudende Allah, risagarara, ryubahirizwa n’abakurikiye mu nyuma ziwe, kugira bagaruke ku Mana Allah mu kwigaya, hanyuma bayisenge ari Imwe Rudende batayibangikanya.

وَجَعَلَهَا كَلِمَةًۢ بَاقِيَةً فِى عَقِبِهِۦ لَعَلَّهُمْ يَرْجِعُونَ ﴿٢٨﴾

29. Ntumwa y’Imana! Ahubwo rero ababangikanyamana hamwe na ba se babo, Nabahaye kuryoherwa n’ubuzima bwo kw’isi, sinashoka Ndabahanira ubugarariji bwabo, gushika n’aho bashikiriwe na Qor’ani hamwe n’Intumwa ibatomorera ivyo bakeneye kumenya mw’idini.

بَلْ مَتَّعْتُ هَٰٓؤُلَآءِ وَءَابَآءَهُمْ حَتَّىٰ جَآءَهُمُ ٱلْحَقُّ وَرَسُولٌ مُّبِينٌ ﴿٢٩﴾

30. Bamaze gushikirwa na Qor’ani rero, bavuze bayiyamiriza bati: “Iyi Qor’ani Muhamadi adushikiriza, ni uburozi bweruye! Kandi mu vy’ukuri, turahakanye twivuye inyuma mu kuvuga ko itamanuwe n’Imana Allah”;

وَلَمَّا جَآءَهُمُ ٱلْحَقُّ قَالُوا۟ هَٰذَا سِحْرٌ وَإِنَّا بِهِۦ كَٰفِرُونَ ﴿٣٠﴾

31. Baranavuze kandi bati: “Nimba iyi Qor’ani yamanuwe koko n’Imana Allah, ntiyari gupfuma Iyimanurira umugabo w’ijunja n’ijambo aturuka muri kamwe mu ducimbiri tubiri: agacimbiri ka Makka canke aka Twaa-ifu!”.

وَقَالُوا۟ لَوْلَا نُزِّلَ هَٰذَا ٱلْقُرْءَانُ عَلَىٰ رَجُلٍ مِّنَ ٱلْقَرْيَتَيْنِ عَظِيمٍ ﴿٣١﴾

32. Ntumwa y’Imana! Mbega none ababangikanyamana, ni bo bagabura impuhwe z’Imana yawe Rurema Allah, bagaha ubuvugishwamana uwo bashatse! Twebwe Allah, Twarabagaburiye ibibabeshaho mu buzima bwo kw’isi, Turaheza Tuduza bamwe mu cubahiro gusumba abandi; gutyo haba umutunzi n’umukene, uwufise imirya n’uwufise intege nke; kugira ngo babe magiriranire, bakenerane muri nya buzima[1]. Burya, impuhwe z’Imana yawe Rurema Allah zo kwinjiza abantu mu Bwami bw’ijuru, ni zo nziza gusumba ivyo bahurumbira kwegeranya mu bihendamaso vy’isi.

أَهُمْ يَقْسِمُونَ رَحْمَتَ رَبِّكَ ۚ نَحْنُ قَسَمْنَا بَيْنَهُم مَّعِيشَتَهُمْ فِى ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا ۚ وَرَفَعْنَا بَعْضَهُمْ فَوْقَ بَعْضٍ دَرَجَٰتٍ لِّيَتَّخِذَ بَعْضُهُم بَعْضًا سُخْرِيًّا ۗ وَرَحْمَتُ رَبِّكَ خَيْرٌ مِّمَّا يَجْمَعُونَ ﴿٣٢﴾

33. Iyo hataba kwanka ko abantu baba umugwi umwe w’abagarariji, ni ukuri Twari gufata inzu z’abagarariza Nyenimpuhwe, Tukazigira inzu zibona, z’amagorofa asakajwe umwakaka, akagira n’ingazi buririrako;

وَلَوْلَآ أَن يَكُونَ ٱلنَّاسُ أُمَّةً وَٰحِدَةً لَّجَعَلْنَا لِمَن يَكْفُرُ بِٱلرَّحْمَٰنِ لِبُيُوتِهِمْ سُقُفًا مِّن فِضَّةٍ وَمَعَارِجَ عَلَيْهَا يَظْهَرُونَ ﴿٣٣﴾

34. Twari no kuzigirira imiryango ikozwe mu mwakaka, zikagira n’ibitanda vy’inyegamo bicarako;

وَلِبُيُوتِهِمْ أَبْوَٰبًا وَسُرُرًا عَلَيْهَا يَتَّكِـُٔونَ ﴿٣٤﴾

35. Tukabaha n’ibisharizo vy’inzahabu! Ivyo vyose rero, nta co bimaze kiretse ko ari ibihendamaso vy’ubuzima bugufi bwo kw’isi. Burya rero, ivyiza vyo mu buzima

وَزُخْرُفًا ۚ وَإِن كُلُّ ذَٰلِكَ لَمَّا مَتَٰعُ ٱلْحَيَوٰةِ ٱلدُّنْيَا ۚ وَٱلْـَٔاخِرَةُ عِندَ رَبِّكَ لِلْمُتَّقِينَ ﴿٣٥﴾

[2] Umutunzi mu vyo adashoboye arakenera kubifashwamwo n’umukene; umukene na we mu vyo adafise agakenera kubironswa n’umutunzi, ugasanga rero, umwe wese muri bo, akorera uwundi mu buryo atazi ko ari umukozi wiwe.

bw'inyuma yo gupfa biri ku Mana yawe Rurema Allah, vyategekanirijwe gusa abagamburukiramana.

36. Uwirengagije Qor'ani ari na rwo rwibutso rwa Nyenimpuhwe ku biremwa, maze akijajara mu kutayemera ngo ayigendere, Tumushinga shetani[1] imwosha nabi kw'isi, maze igacudika na we, ikama imwosha kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

وَمَن يَعۡشُ عَن ذِكۡرِ ٱلرَّحۡمَٰنِ نُقَيِّضۡ لَهُۥ شَيۡطَٰنٗا فَهُوَ لَهُۥ قَرِينٞ ٣٦

37. Mu vy'ukuri amashetani, ni ukuri yosha abirengagiza urwibutso rwa Nyenimpuhwe mu kubaburabuza gukurikira inzira y'ukuri, maze akabaryohereza ubuhuvyi, akabankisha ubugororotsi, bagaheza rero bakibwira ku kwihenda ko, ari bo bagororotsi;

وَإِنَّهُمۡ لَيَصُدُّونَهُمۡ عَنِ ٱلسَّبِيلِ وَيَحۡسَبُونَ أَنَّهُم مُّهۡتَدُونَ ٣٧

38. Gushika n'aho, umwe mu birengagiza Qor'ani, atwitabiye agapfa, maze akabwira wa mugenziwe bamana hafi amwiyama ati: "Ese iyo tutigera duhura tukamenyana, tukaba kure na kure nk'ubuseruko n'uburengero. Nta mugenzi mubi rero angana wewe!".

حَتَّىٰٓ إِذَا جَآءَنَا قَالَ يَٰلَيۡتَ بَيۡنِي وَبَيۡنَكَ بُعۡدَ ٱلۡمَشۡرِقَيۡنِ فَبِئۡسَ ٱلۡقَرِينُ ٣٨

39. Bantu mwirengagije Qor'ani! Kuri uno musi w'izuka, ukwiyama abagenzi banyu babahubishije nta co kubamarira. Mwafadikanije mu kubangikanya Imana Allah ngo musangire ibihano; kira noneho, mubihurirako, ariko umwumwe wese ahanwa ku gatwe kiwe.

وَلَن يَنفَعَكُمُ ٱلۡيَوۡمَ إِذ ظَّلَمۡتُمۡ أَنَّكُمۡ فِي ٱلۡعَذَابِ مُشۡتَرِكُونَ ٣٩

40. Ntumwa y'Imana! Mbega woshobora gutuma ibipfamatwi vyumva ukuri, bikanyurwa! Canke woshobora gutuma ibipfamaso vy'umushaha bibona ukuri bikagukurikira! Canke woshoboza uwahuvye akaba ikigaba ceruye, gukurikira inzira y'ukuri! Ivyo ntibiri mu vyo ujejwe, ahubwo ujejwe gusa gushikiriza ubutumwa butomoye.

أَفَأَنتَ تُسۡمِعُ ٱلصُّمَّ أَوۡ تَهۡدِي ٱلۡعُمۡيَ وَمَن كَانَ فِي ضَلَٰلٖ مُّبِينٖ ٤٠

41. Ntumwa y'Imana! Mu gihe Twotuma upfa imbere yuko utsinda abahakanyi mu bo warungitsweko, ni ukuri nta cobuza ko Tubihora mu kubahana mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

فَإِمَّا نَذۡهَبَنَّ بِكَ فَإِنَّا مِنۡهُم مُّنتَقِمُونَ ٤١

42. Canke mu gihe Twokwereka ibihano Twabasezeraniye kubaha kw'isi; nka birya vyabashikiye ku rugamba rwa Badri, ni ukuri Turashoboye kugutabara ukabatsinda ukanabasuzuguza.

أَوۡ نُرِيَنَّكَ ٱلَّذِي وَعَدۡنَٰهُمۡ فَإِنَّا عَلَيۡهِم مُّقۡتَدِرُونَ ٤٢

43. Ntumwa y'Imana! Fata nkama ivyo wahishuriwe muri Qor'ani, maze ubitsimbatareko. Mu vy'ukuri wewe, uri mu nzira igororotse y'ubwislamu.

فَٱسۡتَمۡسِكۡ بِٱلَّذِيٓ أُوحِيَ إِلَيۡكَۖ إِنَّكَ عَلَىٰ صِرَٰطٖ مُّسۡتَقِيمٖ ٤٣

44. Mu vy'ukuri iyi Qor'ani, ni ukuri, ni iteka n'icubahiro kuri wewe n'Abakorayishi, kuko yamanuwe mu rurimi rwabo rw'icarabu kugira bayitahure kuruta, baheze babe aba

وَإِنَّهُۥ لَذِكۡرٞ لَّكَ وَلِقَوۡمِكَۖ وَسَوۡفَ تُسۡـَٔلُونَ ٤٤

[1] Akomoka mu Majini no mu bantu.

mbere bayemera maze bayigendere. Kubera ivyo rero, bitebe bitebuke, muzobazwa wewe hamwe n'abo warungitsweko ukuntu mwashimye mukongera mukagendera iyo Qor'ani!

45. Ntumwa y'Imana! Urabaza n'abakurikiye Intumwa zacu Twarungitse hambere yawe, ko Twoba Twarigeze na rimwe kubabwiriza gusenga izindi mana mu gishingo ca Nyenimpuhwe! Bazoheza bakwishure ko bitigeze biba na rimwe, kuko Intumwa zose zararikira isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa.

وَسْـَٔلْ مَنْ أَرْسَلْنَا مِن قَبْلِكَ مِن رُّسُلِنَآ أَجَعَلْنَا مِن دُونِ ٱلرَّحْمَٰنِ ءَالِهَةً يُعْبَدُونَ ﴿٤٥﴾

46. Ni ukuri, Twararungitse Musa kwa Firawuni hamwe n'abunganizi biwe, Tumushigikiza n'ibitangaro vyacu bigaragaza ukuri kwiwe, araheza ababwira ati: "Mu vy'ukuri jewe, ndi Intumwa ivuye ku Mana Rurema Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose";

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَا مُوسَىٰ بِـَٔايَٰتِنَآ إِلَىٰ فِرْعَوْنَ وَمَلَإِيْهِۦ فَقَالَ إِنِّى رَسُولُ رَبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٤٦﴾

47. Amaze rero kubashikiriza ivyemezo vyacu bigaragaza ukuri kwiwe, Firawuni n'abunganizi biwe, baradutse baritwengera batebura n'agahemo n'akantu.

فَلَمَّا جَآءَهُم بِـَٔايَٰتِنَآ إِذَا هُم مِّنْهَا يَضْحَكُونَ ﴿٤٧﴾

48. Nta cemezo rero Twereka Firawuni n'abunganizi biwe, kiretse ko caba gihambaye kandi kigaragaza ukuri kuruta ico beretswe imbere yaco. Twaranabahaye ibihano bitandukanye, kugira bavavanure n'ubugarariji, baheze bagaruke ku Mana Allah, maze bayisenge ari Imwe Rudende.

وَمَا نُرِيهِم مِّنْ ءَايَةٍ إِلَّا هِىَ أَكْبَرُ مِنْ أُخْتِهَا ۖ وَأَخَذْنَٰهُم بِٱلْعَذَابِ لَعَلَّهُمْ يَرْجِعُونَ ﴿٤٨﴾

49. Ni ho Firawuni n'abunganizi biwe, baja ng'aho babwira Musa bati: "Wa murozi we[1]! Enda rero nyabuna dusabire Imana yawe Rurema Allah, Iduhe ivyo Yagusezeraniye, maze Idukureko ibihano, mu vy'ukuri niyadukurako ivyo bihano, ni ukuri duca tukwemera, tube abagororotsi".

وَقَالُوا۟ يَٰٓأَيُّهَ ٱلسَّاحِرُ ٱدْعُ لَنَا رَبَّكَ بِمَا عَهِدَ عِندَكَ إِنَّنَا لَمُهْتَدُونَ ﴿٤٩﴾

50. Musa amaze gusaba ko ibihano vyokurwa, Tugaheza Twebwe Allah Tukabibakurako, baca bisubirako bagashishikara mu buhuvyi.

فَلَمَّا كَشَفْنَا عَنْهُمُ ٱلْعَذَابَ إِذَا هُمْ يَنكُثُونَ ﴿٥٠﴾

51. Ni ho rero Firawuni yakanagara asemerera izuba riva, akikijwe n'abubahwa, n'ubwishime n'akantu ati: "Bantu banje! Ubwami bwa Misiri, si ubw'iwanje! Ntimurabona ko imigende y'uruzi rwa Nili itemba ica musi y'igorofa y'ikirimba igaca n'imbere yaco mu mirima yanje! Aho ga ntuze, ntimurabona ko inguvu z'ubwami bwanje ata ho zoza zigereranywa n'iza Musa, ari magoyagi ata nguvu agira, n'ubukene buri mu kumwica!

وَنَادَىٰ فِرْعَوْنُ فِى قَوْمِهِۦ قَالَ يَٰقَوْمِ أَلَيْسَ لِى مُلْكُ مِصْرَ وَهَٰذِهِ ٱلْأَنْهَٰرُ تَجْرِى مِن تَحْتِىٓ ۖ أَفَلَا تُبْصِرُونَ ﴿٥١﴾

52. Ahubwo rero, ni jewe ndi intore gusumba uyu agayitse atanashoboye no gutomora n'amajambo kuko avuga uburimi;

أَمْ أَنَا۠ خَيْرٌ مِّنْ هَٰذَا ٱلَّذِى هُوَ مَهِينٌ وَلَا يَكَادُ يُبِينُ ﴿٥٢﴾

[1] Umurozi canke umukonikoni igihe c'umwami Firawuni, yafatwa nk'umuntu w'umumenyi yubashwe, uburozi canke ubukonikoni, ico gihe nticari ikintu kibi kinebagurwa.

53. Mbega iyo aba ari Intumwa vy'ukuri, ntiyari gupfuma amanurirwa imiringa y'inzahabu, canke akaza aherekeranye n'abamalayika b'urutavanako, bemeza ko ari Intumwa koko twarungikiwe n'Imana Allah!".

فَلَوْلَآ أُلْقِيَ عَلَيْهِ أَسْوِرَةٌ مِّن ذَهَبٍ أَوْ جَآءَ مَعَهُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ مُقْتَرِنِينَ ﴿٥٣﴾

54. Ku kubera iryo jambo rero, Firawuni yarakinishije ubwenge bw'abantu biwe abaca iyondoyondo mu kubararikira ubuhuvyi, maze baramwumvira mu guhakana Musa. Mu vy'ukuri, bari abantu b'ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

فَٱسْتَخَفَّ قَوْمَهُۥ فَأَطَاعُوهُ ۚ إِنَّهُمْ كَانُوا۟ قَوْمًا فَٰسِقِينَ ﴿٥٤﴾

55. Igihe rero Dushavurijwe n'ubugaba bwabo bwo guhakana bivuye inyuma Musa n'ivyemezo yabazaniye, Twaciye Tubihora mu kubahana ubutarariye, maze Tubasomesha nturi bose barahona;

فَلَمَّآ ءَاسَفُونَا ٱنتَقَمْنَا مِنْهُمْ فَأَغْرَقْنَٰهُمْ أَجْمَعِينَ ﴿٥٥﴾

56. Turaheza Tubagira akayazwe n'iciro ry'umugani ku bigaba vyo mu nyuma zabo, Tubagira n'inkebuzo ku bazokurikira.

فَجَعَلْنَٰهُمْ سَلَفًا وَمَثَلًا لِّلْءَاخِرِينَ ﴿٥٦﴾

57. Ntumwa y'Imana! Igihe uciriwe agace ka Isa mwene Mariyamu, ababangikanyamana mu bantu warungitsweko bariko barahazana na we, baciye bicwa n'akamwemwe ko baronse icitwazo c'uko imana zabo babangikanya n'Imana Allah, ari nka Isa mwene Mariyamu ku banaswara[1];

۞ وَلَمَّا ضُرِبَ ٱبْنُ مَرْيَمَ مَثَلًا إِذَا قَوْمُكَ مِنْهُ يَصِدُّونَ ﴿٥٧﴾

58. Baraheza bavuga bati: "Mbega none, imana zacu dusenga ni zo nziza, canke Isa mwene Mariyamu asengwa n'abanaswara, ni we mwiza! Mwene Mariyamu rero, niyaba azohanwa mu muriro kuko yasengwa, uwo muriro turemeye kuwujamwo twebwe hamwe n'imana zacu". Ntumwa y'Imana! Ntibaguciriye agace ka Isa mwene Mariyamu, atari ukugira gusa baguharirize, ahubwo mbere bobo ni abantu bakunda guharira mu kinyoma.

وَقَالُوٓا۟ ءَأَٰلِهَتُنَا خَيْرٌ أَمْ هُوَ ۚ مَا ضَرَبُوهُ لَكَ إِلَّا جَدَلًۢا ۚ بَلْ هُمْ قَوْمٌ خَصِمُونَ ﴿٥٨﴾

59. Burya Isa mwene Mariyamu, si ikindi kiretse ko ari Umuja Twebwe Allah Twahaye inema yo kuba Umuvugishwamana, Twongera Tumugira icemezo n'inkebuzo kuri Bene Israyeli, vyerekana ubushobozi n'ububasha vyacu.

إِنْ هُوَ إِلَّا عَبْدٌ أَنْعَمْنَا عَلَيْهِ وَجَعَلْنَٰهُ مَثَلًا لِّبَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ﴿٥٩﴾

60. Bantu! Iyo Dushaka rero, Twari kugira abamalayika bakaba kw'isi, bagakurakuranwa kuri yo, ha kuba ari mwebwe Bene Adamu mugenda muyikurakuranwako.

وَلَوْ نَشَآءُ لَجَعَلْنَا مِنكُم مَّلَٰٓئِكَةً فِى ٱلْأَرْضِ يَخْلُفُونَ ﴿٦٠﴾

---

[1] Ivyo vyabaye igihe hahishurwa Aayah ya 98 mu gisomwa c'Abavugishwamana: "Bagarariji! Mu vy'ukuri mwebwe hamwe n'ibigirwamana vy'ubwoko bwose, mwasenga mu gishingo c'Imana Allah, ni ibicanirizo vy'umuriro wa Jahannamu; mwebwe mwese rero mutegerezwa kuwinjira". Ababangikanyamana baciye bavuga bati: "Turemeye ko imana zacu ziba nka Isa mwene Mariyamu ku banaswara", haca hahishurwa Aayah ya 101 muri ico gisomwa nyene: "Mu vy'ukuri, abo Twamaze kumenya ko bafise amahirwe yo kwinjira mu Bwami bw'ijuru, abo ni bo rero bazokwigizwa kure y'umuriro wa Jahannamu"; yerekana ko ikizotabwa mu muriro kuko cabangikanijwe n'Imana Allah, ari icasenzwe kigashima gusengwa mu gishingo cayo.

61. Mu vy'ukuri, umuzo wa Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) imbere yuko umuhero w'isi ushika, ni ikimenyetso cuko nya muhero uzoba ugiye gushika. Ntimukagire amakenga rero ko umuhero w'isi ubaho, maze munkurikire mu vyo ndabararikira bivuye ku Mana Allah, iyi ni yo nzira igorororotse izobashikana mu Bwami bw'ijuru.

وَإِنَّهُۥ لَعِلْمٌ لِّلسَّاعَةِ فَلَا تَمْتَرُنَّ بِهَا وَٱتَّبِعُونِۚ هَٰذَا صِرَٰطٌ مُّسْتَقِيمٌ ﴿٦١﴾

62. Shetani ntikababuze ku nyoshambi zayo, ko munyumvira mu kwubahiriza amabwirizwa ndabaha; mu vy'ukuri, shetani ni umwansi wanyu agaragara.

وَلَا يَصُدَّنَّكُمُ ٱلشَّيْطَٰنُۖ إِنَّهُۥ لَكُمْ عَدُوٌّ مُّبِينٌ ﴿٦٢﴾

63. Igihe Isa mwene Mariyamu aziye kuri Bene Israyeli, akaza abazaniye n'ivyemezo bigaragaza ukuri kwiwe, yababwiye ati: "Ni ukuri, naje kuri mwebwe nahawe ubuvugishwamana kugira ndabatomorere bimwe mu vyo muhazanako mw'idini; nimugamburukire rero Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, mwongere munyumvire mu vyo ndababwirije;

وَلَمَّا جَآءَ عِيسَىٰ بِٱلْبَيِّنَٰتِ قَالَ قَدْ جِئْتُكُم بِٱلْحِكْمَةِ وَلِأُبَيِّنَ لَكُم بَعْضَ ٱلَّذِى تَخْتَلِفُونَ فِيهِۖ فَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَأَطِيعُونِ ﴿٦٣﴾

64. Mu vy'ukuri Allah, ni Yo Mana yanje Ikaba n'Imana yanyu Rurema, nimuyiyegereze rero mu vyo mukora vyose, munayisenge ari Imwe Rudende mutayibangikanya na kimwe mu biremwa, iyi ni yo nzira igorororotse ibashikana kuri Yo".

إِنَّ ٱللَّهَ هُوَ رَبِّى وَرَبُّكُمْ فَٱعْبُدُوهُۚ هَٰذَا صِرَٰطٌ مُّسْتَقِيمٌ ﴿٦٤﴾

65. Ni ho rero abanaswara bicamwo imigwimigwi ku vyerekeye ubuvugishwamana bwa Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah)[1]. Uguhanwa nya guhanwa rero ku musi w'izuka, ni ukw'abirenganije mu kwita Isa mwene Mariyamu ico atiswe n'Imana Allah.

فَٱخْتَلَفَ ٱلْأَحْزَابُ مِنۢ بَيْنِهِمْۖ فَوَيْلٌ لِّلَّذِينَ ظَلَمُوا۟ مِنْ عَذَابِ يَوْمٍ أَلِيمٍ ﴿٦٥﴾

66. Abiciyemwo imigwimigwi ku vyerekeye Isa mwene Mariyamu, nta kindi barindiriye kiretse umuhero w'isi uzobashikira giturumbuka, ata vyo bari biteze.

هَلْ يَنظُرُونَ إِلَّا ٱلسَّاعَةَ أَن تَأْتِيَهُم بَغْتَةً وَهُمْ لَا يَشْعُرُونَ ﴿٦٦﴾

67. Abakunzi pfampfe kw'isi, kuri uyo musi w'izuka bazohinduka abansi bigaramane, kiretse gusa abakunzi pfampfe bakundanye ku mvo z'ubugamburukiramana, urukundo rwabo bakundanye kw'isi, ruzobandanya no mu buzima bw'inyuma yo gupfa;

ٱلْأَخِلَّآءُ يَوْمَئِذٍۭ بَعْضُهُمْ لِبَعْضٍ عَدُوٌّ إِلَّا ٱلْمُتَّقِينَ ﴿٦٧﴾

68. Bazohumurizwa n'Imana Allah bati: "Emwe baja banje! Kuri uno musi, nta bwoba kuri mwebwe bwo guhanwa, eka mbere mwebwe ntimunicwa n'intuntu ku vyo mwasize kw'isi";

يَٰعِبَادِ لَا خَوْفٌ عَلَيْكُمُ ٱلْيَوْمَ وَلَآ أَنتُمْ تَحْزَنُونَ ﴿٦٨﴾

69. Abemeye Aayah n'ivyemezo vyacu, maze bakagendera n'ivyo bashikirijwe n'Intumwa Twabarungikiye, bicisha bugufi;

ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا وَكَانُوا۟ مُسْلِمِينَ ﴿٦٩﴾

[1] Mu banaswara rero, harimwo abemera vy'ukuri ko Isa mwene Mariyamu, ari Intumwa y'Imana nk'uko yiswe n'Imana Allah; hakabamwo n'abemera ko ari umwana w'Imana; harimwo rero n'abemera ko ari imana.

70. Bazobwirwa rero bati: “Nimwinjire mu Bwami bw’ijuru, mwebwe hamwe n’abakenyezi banyu b’abemeramanakazi, maze mwakirwe mw’iteka n'itekane, akamwemwe kabasya”.

ٱدۡخُلُواْ ٱلۡجَنَّةَ أَنتُمۡ وَأَزۡوَٰجُكُمۡ تُحۡبَرُونَ ٧٠

71. Muri nya Bwami rero, bazozimanwa imfungurwa ku masahani y’inzahabu, baherezwe n’ibinyobwa mu birahuri vy’inzahabu nyene. Muri Bwo, hariyo ivyo bipfuza vyose kandi biryoheye n’ijisho. Bazokezwa bati: “Mwebwe rero, muzokwibera mu Bwami bw’ijuru ibihe bidahera;

يُطَافُ عَلَيۡهِم بِصِحَافٍ مِّن ذَهَبٍ وَأَكۡوَابٖۖ وَفِيهَا مَا تَشۡتَهِيهِ ٱلۡأَنفُسُ وَتَلَذُّ ٱلۡأَعۡيُنُۖ وَأَنتُمۡ فِيهَا خَٰلِدُونَ ٧١

72. Ubwo rero, ni bwo Bwami bw’ijuru mwarazwe n’Imana Allah ku mpuhwe zayo, ku kubera ivyiza mwari mwakoze kw’isi;

وَتِلۡكَ ٱلۡجَنَّةُ ٱلَّتِيٓ أُورِثۡتُمُوهَا بِمَا كُنتُمۡ تَعۡمَلُونَ ٧٢

73. Muri Bwo, mwarateguriwe ivyamwa vy’ubwoko bwinshi, mufungurako”.

لَكُمۡ فِيهَا فَٰكِهَةٞ كَثِيرَةٞ مِّنۡهَا تَأۡكُلُونَ ٧٣

74. Mu vy’ukuri, abanyavyaha barenga ku mabwirizwa y’Imana Allah, bazoba bari mu bihano vya Jahannamu ibihe bidahera;

إِنَّ ٱلۡمُجۡرِمِينَ فِي عَذَابِ جَهَنَّمَ خَٰلِدُونَ ٧٤

75. Ntibazotezurirwa na gato mu bihano, muri nya bihano bazoba bihebuye nya kwihebura;

لَا يُفَتَّرُ عَنۡهُمۡ وَهُمۡ فِيهِ مُبۡلِسُونَ ٧٥

76. Kandi Twebwe Allah, ntitwabarenganije namba ku bihano Twabahaye, ariko ni bo nyene birenganije ku bugaba bwabo.

وَمَا ظَلَمۡنَٰهُمۡ وَلَٰكِن كَانُواْ هُمُ ٱلظَّٰلِمِينَ ٧٦

77. Abanyavyaha rero, bamaze kwinjizwa mu muriro, bazokwiyambaza umumalayika awucungereye bati: “Ewe Maaliki! Dusabire Imana yawe Rurema Allah Itwice tuzimangane, maze turuhuke ibihano turimwo!” Wa mumalayika na we azobishura ati: “Mu vy’ukuri, nta buhungiro mufise, muzowubamwo ibihe bidahera”;

وَنَادَوۡاْ يَٰمَٰلِكُ لِيَقۡضِ عَلَيۡنَا رَبُّكَۖ قَالَ إِنَّكُم مَّٰكِثُونَ ٧٧

78. Maze Imana Allah Ice Ibabwira Iti: “Ni ukuri, Twarabazaniye ukuri mwashikirijwe n’Intumwa Twabarungikiye, ariko rero abenshi muri mwebwe mwaranse kugukurikira”.

لَقَدۡ جِئۡنَٰكُم بِٱلۡحَقِّ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَكُمۡ لِلۡحَقِّ كَٰرِهُونَ ٧٨

79. Ahubwo rero, mbega ababangikanyamana boba bapfunditse umugambi wo kuburagiza ukuri Twabazaniye! Usangwa biri ukwo rero, mu vy’ukuri na Twebwe Allah, Twarabateguriye ibihano bibakwiye.

أَمۡ أَبۡرَمُوٓاْ أَمۡرٗا فَإِنَّا مُبۡرِمُونَ ٧٩

80. Canke ababangikanyamana boba bibaza ko Twebwe Allah Tutazi ivyo bahisha mu mushaha, Tutumva n’ivyo bavuga mu bwongoshwe! Ego cane Turabizi kandi Turavyumva, kandi n’intumwa zacu z’abamalayika zirandika zitihenda ivyo bakora.

أَمۡ يَحۡسَبُونَ أَنَّا لَا نَسۡمَعُ سِرَّهُمۡ وَنَجۡوَىٰهُمۚ بَلَىٰ وَرُسُلُنَا لَدَيۡهِمۡ يَكۡتُبُونَ ٨٠

81. Ntumwa y’Imana! Bwira ababangikanyamana bibwira ko abamalayika ari abakobwa b’Imana Allah, uti:

قُلۡ إِن كَانَ لِلرَّحۡمَٰنِ وَلَدٞ فَأَنَا۠ أَوَّلُ

“Nyenimpuhwe iyo Aba Afise umwana nk’uko mwibwira, ni jewe nobaye uwa mbere mu kwiyegereza nya mwana nkamusenga nk’uko mwibaza, ariko rero kizire ko Nyenimpuhwe Yogira umugore canke umwana;

ٱلْعَٰبِدِينَ ﴿٨١﴾

82. Nihaninahazwe rero Imana Rurema Allah, Yaremye amajuru n’isi Ikarema n'Ubuhangamo buhambaye, mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayomekera”.

سُبْحَٰنَ رَبِّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ رَبِّ ٱلْعَرْشِ عَمَّا يَصِفُونَ ﴿٨٢﴾

83. Ntumwa y’Imana! Reka abomekera umugore canke umwana ku Mana Allah bagume mw’irementanya ryabo bafyinata kw’isi, gushika igihe bahuye n’umusi wabo basezeraniwe guhanirwako[1].

فَذَرْهُمْ يَخُوضُوا۟ وَيَلْعَبُوا۟ حَتَّىٰ يُلَٰقُوا۟ يَوْمَهُمُ ٱلَّذِى يُوعَدُونَ ﴿٨٣﴾

84. Nyenimpuhwe rero, ni Yo Mana Isengwa ari Imwe Rudende mw’ijuru no mw’isi, ni na Yo rero Intungane mu vyo Ikora; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikorwa n'ibiremwa hamwe n’ivyo bizirikana.

وَهُوَ ٱلَّذِى فِى ٱلسَّمَآءِ إِلَٰهٌ وَفِى ٱلْأَرْضِ إِلَٰهٌ ۚ وَهُوَ ٱلْحَكِيمُ ٱلْعَلِيمُ ﴿٨٤﴾

85. Harakubahwa Nyenimigisha-ntangere ku biremwa, Nyenubwami Agaba Akaganza amajuru indwi n’isi indwi hamwe n’ibiri hagati yavyo vyose, ni Yo Izi isango nyezina ry’igihe umuhero w’isi uzoshikirako, ni no kuri Yo rero muzosubizwa mumaze gupfa, kugira muharurirwe muheze muhemberwe ivyo mwakoze.

وَتَبَارَكَ ٱلَّذِى لَهُۥ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَمَا بَيْنَهُمَا وَعِندَهُۥ عِلْمُ ٱلسَّاعَةِ وَإِلَيْهِ تُرْجَعُونَ ﴿٨٥﴾

86. Abasengwa n'ababangikanyamana mu gishingo cayo[2], ntibazoshobora kuvugira umuntu n’umwe ku Mana Allah, kiretse ko bazoshobora kuvugira gusa abemanze ukuri mu kwemera Imana Allah n’Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), bakaba bazi ukuri kw’ivyo bemeye bakemanga.

وَلَا يَمْلِكُ ٱلَّذِينَ يَدْعُونَ مِن دُونِهِ ٱلشَّفَٰعَةَ إِلَّا مَن شَهِدَ بِٱلْحَقِّ وَهُمْ يَعْلَمُونَ ﴿٨٦﴾

87. Ntumwa y’Imana! Niwaramuka ubajije ababangikanyamana uwabaremye uwo ari we, ni ukuri bazokwishura ata guhigimanga ko baremwe n’Imana Allah. None, ni gute bayibangikanya ha kuyisenga ari Imwe Rudende!

وَلَئِن سَأَلْتَهُم مَّنْ خَلَقَهُمْ لَيَقُولُنَّ ٱللَّهُ ۖ فَأَنَّىٰ يُؤْفَكُونَ ﴿٨٧﴾

88. Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), yaraganyiye Imana yiwe Rurema Allah, bitewe n’uko abantu bamuhakanye bivuye inyuma, ati: “Ewe Mana yanje Rurema Allah! Mu vy’ukuri, aba bantu ntibakwemera Wewe hamwe n’ubutumwa Wandungikanye”;

وَقِيلِهِۦ يَٰرَبِّ إِنَّ هَٰٓؤُلَآءِ قَوْمٌ لَّا يُؤْمِنُونَ ﴿٨٨﴾

[1] Ivyo bihano basezeraniwe, bakaba bashobora kubihabwa bakiri kw’isi, canke bakabihabwa mu buzima bw’inyuma yo gupfa, canke bakabihabwa mu buzima bwo kw’isi no mu bw’inyuma yo gupfa.
[2] Abavugwa ng'aho, ni abasengwa mu biremwa mu gishingo c'Imana Allah badashimishwa n'iryo sengwa; nk'abamalayika, Intumwa Isa mwene Mariyamu, Uzayiru n'abandi mu beranda.

89. Maze Imana Allah Ica Imubwira Iti: “Irengagize ibangamira ryabo, uheze ubabwire uti: “Nihasasagare amahoro y’Imana Allah, singera ingere y’ikibi ku kindi”. Bitebe bitebuke rero, bazomenya ibizobashikira mu bihano bategekanirijwe ku musi w’izuka”.

فَٱصۡفَحۡ عَنۡهُمۡ وَقُلۡ سَلَٰمٞۚ فَسَوۡفَ يَعۡلَمُونَ ٨٩

44. Ad-Dukhaan (Umwotsi)
Aayah 59, Makka

Kw’izina ry’Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Haa Miim[1].

حمٓ ١

2. Jewe Allah, Ndarahiye ku Gitabu ca Qor’ani gitomoye neza mu nsiguro, mu ngingo z’ibirekuwe n’ibizira no mu burongozi bwaco!

وَٱلۡكِتَٰبِ ٱلۡمُبِينِ ٢

3. Mu vy’ukuri Twebwe Allah, Twamanuye Qor’ani mw’ijoro ry’iteka, ryuzuyemwo imigisha myinshi mu kwezi kwa Ramadhani. Mu vy’ukuri Twebwe Allah, Twamanuye Ibitabu Turungika n’Intumwa kugira Tugabishe abantu ku bihano vyacu.

إِنَّآ أَنزَلۡنَٰهُ فِي لَيۡلَةٖ مُّبَٰرَكَةٍۚ إِنَّا كُنَّا مُنذِرِينَ ٣

4. Muri nya joro ry’iteka rero, abanditsi mu bamalayika, bashirirwa ahabona ingingo yerekeye ikintu cose kizotunganywa kigashirwa mu ngiro muri uwo mwaka;

فِيهَا يُفۡرَقُ كُلُّ أَمۡرٍ حَكِيمٍ ٤

5. Ingingo yubahirizwa kw’itegeko n’ubumenyi bivuye iwacu Twebwe Allah. Mu vy’ukuri Twebwe Allah, Twarungitse ku bantu Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) hamwe n’izindi zarungitswe hambere yiwe;

أَمۡرٗا مِّنۡ عِندِنَآۚ إِنَّا كُنَّا مُرۡسِلِينَ ٥

6. Mu ntumbero yo kugirira impuhwe abantu zarungitsweko, impuhwe zivuye ku Mana yawe Rurema Allah, mu vy’ukuri ni Yo rero Nyenukwumva, Irumva ibivugwa vyose; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikorwa n’ibiremwa hamwe n’ivyo bizirikana;

رَحۡمَةٗ مِّن رَّبِّكَۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلسَّمِيعُ ٱلۡعَلِيمُ ٦

7. Ni Yo Rurema Yaremye amajuru n’isi hamwe n’ibiri hagati yavyo. Nimwaba rero muzi neza ivyo mu buryo buzira amakenga, nimumenye ko Iyaremye ivyo vyose, ari Yo Mana Ikwiye gusengwa vy’ukuri;

رَبِّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَمَا بَيۡنَهُمَآۖ إِن كُنتُم مُّوقِنِينَ ٧

8. Nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo. Ni Yo Itanga ubuzima Ikanabwaka. Ni Yo Mana yanyu Rurema, Ikaba n’Imana ya ba so bo hambere yanyu, nimuyisenge rero mutayibangikanya na kimwe mu biremwa.

لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ يُحۡيِۦ وَيُمِيتُۖ رَبُّكُمۡ وَرَبُّ ءَابَآئِكُمُ ٱلۡأَوَّلِينَ ٨

9. Ntumwa y’Imana! Ahubwo rero, ababangikanyamana bafise amakenga ku kuri wabazaniye, baratwawe n’ibihendamaso vy’isi n’ubufyinyi.

بَلۡ هُمۡ فِي شَكّٖ يَلۡعَبُونَ ٩

[1] Raba insiguro y’indome zitangura mu ntango y’Igisomwa Al-Baqara.

10. Ntumwa y'Imana! Barindire rero bazokwibonerako, umusi ijuru ryafumvye umwotsi ugaragara, ukwiragiye hose;

فَٱرۡتَقِبۡ يَوۡمَ تَأۡتِي ٱلسَّمَآءُ بِدُخَانٖ مُّبِينٖ ١٠

11. Ugahwikira abantu bose, maze bakabwirwa bati: "Iki rero, ni co gihano kibabaza cane";

يَغۡشَى ٱلنَّاسَۖ هَٰذَا عَذَابٌ أَلِيمٞ ١١

12. Bagaheza bagasaba gukurwako nya gihano batakamba bati: "Mana yacu Rurema Allah! Turagusavye Udukureko kino gihano. Uramutse Ukidukuyeko, ni ukuri twoca tukwemera".

رَّبَّنَا ٱكۡشِفۡ عَنَّا ٱلۡعَذَابَ إِنَّا مُؤۡمِنُونَ ١٢

13. Mbega bokwibuka gute inyuma y'aho bamanuriwe nya gihano, kandi baramaze gushikirwa n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) itomora amabwirizwa y'Imana Allah;

أَنَّىٰ لَهُمُ ٱلذِّكۡرَىٰ وَقَدۡ جَآءَهُمۡ رَسُولٞ مُّبِينٞ ١٣

14. Hanyuma bakayirengagiza bakanavuga ko ari umwigishwa[1] akaba n'umusazi, n'uko atari Intumwa namba!

ثُمَّ تَوَلَّوۡاْ عَنۡهُ وَقَالُواْ مُعَلَّمٞ مَّجۡنُونٌ ١٤

15. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Tuzobakurako igihano umwanya muto, maze murabe ko mu vy'ukuri mutazosubira mu bugarariji n'ubuhuvyi mwahoramwo[2]. Muri ico gihe rero, Tuzoca Tubahana kandi;

إِنَّا كَاشِفُواْ ٱلۡعَذَابِ قَلِيلًاۚ إِنَّكُمۡ عَآئِدُونَ ١٥

16. Umusi Twacakiye abagarariji, maze Tukabahana nya kubahana, ni wo musi w'izuka rero Tuzobihorerako.

يَوۡمَ نَبۡطِشُ ٱلۡبَطۡشَةَ ٱلۡكُبۡرَىٰٓۚ إِنَّا مُنتَقِمُونَ ١٦

17. Ni ukuri, hambere y'ababangikanyamana b'i Makka, Twarageregeje abantu ba Firawuni, maze Tubarungikira Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yubashwe, baraheza barayihakana bivuye inyuma, Duca Turabahana. Ntumwa y'Imana! Ni nk'ukwo nyene rero Tuzohana abo warungitsweko, nibatakwemera;

۞وَلَقَدۡ فَتَنَّا قَبۡلَهُمۡ قَوۡمَ فِرۡعَوۡنَ وَجَآءَهُمۡ رَسُولٞ كَرِيمٌ ١٧

18. Musa araheza ababwira ati: "Enda nyabuna rero, nimumpe abaja b'Imana Allah muri Bene Israyeli, kugira bayiyegereze mu vyo bakora vyose, banayisenge ari Imwe Rudende; jewe mu vy'ukuri, ndi Intumwa kuri mwebwe, nkaba n'Umwizigirwa mu vyo mpishurirwa;

أَنۡ أَدُّوٓاْ إِلَيَّ عِبَادَ ٱللَّهِۖ إِنِّي لَكُمۡ رَسُولٌ أَمِينٞ ١٨

19. Kandi ntimukagire amanyama ku Mana Allah mu guhakana Intumwa zayo; jewe mu vy'ukuri, ndabazaniye icemezo gitomoye cemeza ukuri kwanje;

وَأَن لَّا تَعۡلُواْ عَلَى ٱللَّهِۖ إِنِّيٓ ءَاتِيكُم بِسُلۡطَٰنٖ مُّبِينٖ ١٩

20. Mu vy'ukuri, ndikinze ku Mana yanje Ikaba n'Imana yanyu Rurema Allah, Inkingire ko mwonyicisha amabuye;

وَإِنِّي عُذۡتُ بِرَبِّي وَرَبِّكُمۡ أَن تَرۡجُمُونِ ٢٠

21. Nimutanyemera ku vyo ndabazaniye, murandeka nidegemvye mutangeramira".

وَإِن لَّمۡ تُؤۡمِنُواْ لِي فَٱعۡتَزِلُونِ ٢١

[1] Ashikiriza ivyo yigishijwe n'abantu canke ba senyagara canke amashetani.
[2] Ivyo rero vyarashitse, ariko ntibahavuye bemera nk'uko basezeranye.

22. Musa amaze kubona ko bamuhakanye bivuye inyuma, ni ho yasaba atakambira Imana yiwe Rurema Allah ati: “Mu vy’ukuri aba bantu, ni abanyavyaha bakubangikanya”.

فَدَعَا رَبَّهُۥٓ أَنَّ هَٰٓؤُلَآءِ قَوۡمٞ مُّجۡرِمُونَ ٢٢

23. Imana Allah Yabwiye Musa Iti: “Musa! Muri iri joro, uragenda ujanye abaja banje bakwemeye bakagukurikira; mu vy’ukuri, Firawuni n’ingabo ziwe bahava babomako, babatere;

فَأَسۡرِ بِعِبَادِي لَيۡلًا إِنَّكُم مُّتَّبَعُونَ ٢٣

24. Maze ureke ibahari rigume rituruyuye nk’uko risanzwe, mu vy’ukuri Firawuni n’ingabo ziwe, bahava basomeshwa nturi”.

وَٱتۡرُكِ ٱلۡبَحۡرَ رَهۡوًاۖ إِنَّهُمۡ جُندٞ مُّغۡرَقُونَ ٢٤

25. Inyuma y’isomeshwa nturi rero, Firawuni n’ingabo ziwe basize ibintu vyinshi; imirima itotahaye, amariba y’amazi atemba;

كَمۡ تَرَكُواْ مِن جَنَّٰتٖ وَعُيُونٖ ٢٥

26. N’indimo hamwe rero n’inzu ziteye igomwe;

وَزُرُوعٖ وَمَقَامٖ كَرِيمٖ ٢٦

27. Hamwe rero n’inema nyinshi bari babayemwo, borohewe mu buzima;

وَنَعۡمَةٖ كَانُواْ فِيهَا فَٰكِهِينَ ٢٧

28. Ni nk’ico gihano rero Imana Allah Iha abihakana inema zayo, maze bakayigarariza. Inyuma y’ihonywa ryabo rero, ivyo vyose Twabiraze abandi bantu muri Bene Israyeli.

كَذَٰلِكَ وَأَوۡرَثۡنَٰهَا قَوۡمًا ءَاخَرِينَ ٢٨

29. Ijuru n’isi, ntivyigeze biririra Firawuni n’ingabo ziwe; kira noneho, ntibari no kurindirizwa ngo ntibahanwe.

فَمَا بَكَتۡ عَلَيۡهِمُ ٱلسَّمَآءُ وَٱلۡأَرۡضُ وَمَا كَانُواْ مُنظَرِينَ ٢٩

30. Ni ukuri, Twaranarokoye Bene Israyeli mu bihano bisuzuguza vyo gucurwa bufuni na buhoro;

وَلَقَدۡ نَجَّيۡنَا بَنِيٓ إِسۡرَٰٓءِيلَ مِنَ ٱلۡعَذَابِ ٱلۡمُهِينِ ٣٠

31. Maze Tubakiza mu kubakura kw’izosi Firawuni; mu vy’ukuri Firawuni, yari no mu bantu bagira amanyama ku bandi, bimonogoza mu bugarariji.

مِن فِرۡعَوۡنَۚ إِنَّهُۥ كَانَ عَالِيٗا مِّنَ ٱلۡمُسۡرِفِينَ ٣١

32. Ni ukuri Twatoye Bene Israyeli Tubizi, mu kubatera iteka kurusha abandi bo mu gihe cabo;

وَلَقَدِ ٱخۡتَرۡنَٰهُمۡ عَلَىٰ عِلۡمٍ عَلَى ٱلۡعَٰلَمِينَ ٣٢

33. Maze Tubaha n’ibitangaro bazaniwe na Musa, birimwo igeragezwa rigaragara kuri bo.

وَءَاتَيۡنَٰهُم مِّنَ ٱلۡأٓيَٰتِ مَا فِيهِ بَلَٰٓؤٞا مُّبِينٌ ٣٣

34. Ntumwa y’Imana! Mu vy’ukuri aba babangikanyamana mu bantu warungitsweko, ni ukuri bavuga bahakana izurwa ry’ibiremwa;

إِنَّ هَٰٓؤُلَآءِ لَيَقُولُونَ ٣٤

35. Bakavuga bati: “Umuntu apfa rimwe! Urupfu ni urwo nyene rwo kw’isi nta rundi; ntituzonazuka inyuma yo gupfa ngo duharurirwe ivyo twakoze, duheze tubihemberwe!”.

إِنۡ هِيَ إِلَّا مَوۡتَتُنَا ٱلۡأُولَىٰ وَمَا نَحۡنُ بِمُنشَرِينَ ٣٥

36. Bakongera bati: “Ewe Muhamadi! Wewe n’abemeramana muri kumwe, enda nyabuna rero, nimugarure kw’isi ba data bapfuye kera, nimwaba koko

فَأۡتُواْ بِـَٔابَآئِنَآ إِن كُنتُمۡ صَٰدِقِينَ ٣٦

muri imvugakuri ko abantu bazosubizwa ubuzima bakazuka!”.

37. Abo babangikanyamana b’i Makka, ni bo bahawe ubutore mu nguvu n’inema gusumba abandi ku buryo Tutobahana! Canke ni abantu b’umwami Tubba’i[1] hamwe n’imigwi y’abagararije hambere y’abo! Abo bose rero hamwe n’ubutore mu nguvu n’inema Twabahaye, Twarabahanye ku bugarariji bwabo Turabahonya. Mu vy’ukuri, bari abanyavyaha barenga ku mabwirizwa y’Imana Allah.

أَهُمْ خَيْرٌ أَمْ قَوْمُ تُبَّعٍ وَٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ ۚ أَهْلَكْنَٰهُمْ ۚ إِنَّهُمْ كَانُوا۟ مُجْرِمِينَ ﴿٣٧﴾

38. Ntitwaremye amajuru n’isi hamwe n’ibiri hagati yavyo mu ntumbero yo gufyinata;

وَمَا خَلَقْنَا ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ وَمَا بَيْنَهُمَا لَٰعِبِينَ ﴿٣٨﴾

39. Ntitwabiremye, kiretse ko kwari ukugira mumenye ko hariho Imana Rurema Allah, muheze muyiyegereze mu vyo mukora vyose munayisenge ari Imwe Rudende mutayibangikanya. Ariko rero abenshi mu babangikanyamana, ntibazi intumbero y’Imana Allah mu kurema.

مَا خَلَقْنَٰهُمَآ إِلَّا بِٱلْحَقِّ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَهُمْ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٣٩﴾

40. Mu vy’ukuri umusi w’izuka, ari na wo musi wo gutunganiriza ibiremwa, ni ryo sango ntarengwa ryabo bose;

إِنَّ يَوْمَ ٱلْفَصْلِ مِيقَٰتُهُمْ أَجْمَعِينَ ﴿٤٠﴾

41. Umusi umugenzi ata na kimwe azomarira mugenziwe, eka mbere nta n’uwuzotabara uwundi;

يَوْمَ لَا يُغْنِى مَوْلًى عَن مَّوْلًى شَيْـًٔا وَلَا هُمْ يُنصَرُونَ ﴿٤١﴾

42. Kiretse uwuzogirirwa impuhwe n’Imana Allah mu bemeramana, maze akagira uwo avugira kuri Yo, ku burenganzira bwayo. Mu vy’ukuri rero Imana Allah, ni Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِلَّا مَن رَّحِمَ ٱللَّهُ ۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلرَّحِيمُ ﴿٤٢﴾

43. Mu vy’ukuri, igiti Al-Zaqquumu kinagira mu nyenga y’umuriro;

إِنَّ شَجَرَتَ ٱلزَّقُّومِ ﴿٤٣﴾

44. Ivyamwa vyaco birura, binuka utokwumva, ni zo mfungurwa z’umunyavyaha, na canecane uwubangikanya Imana Allah;

طَعَامُ ٱلْأَثِيمِ ﴿٤٤﴾

45. Uwuriye nya vyamwa, birabira mu nda; nka kurya kw’ubutare bwayongejwe ku muriro;

كَٱلْمُهْلِ يَغْلِى فِى ٱلْبُطُونِ ﴿٤٥﴾

46. Bugasebura nka kurya kw’amazi yabize akaryimara;

كَغَلْىِ ٱلْحَمِيمِ ﴿٤٦﴾

47. Abamalayika, ku musi w’izuka bazobwirwa bati: “Nimufate uyo munyavyaha, maze mumuterere mu nyenga y’umuriro ururumba;

خُذُوهُ فَٱعْتِلُوهُ إِلَىٰ سَوَآءِ ٱلْجَحِيمِ ﴿٤٧﴾

48. Hanyuma mumusuke ku mutwe amazi asebuye akaryimara, maze yumvirize ibihano vyayo”.

ثُمَّ صُبُّوا۟ فَوْقَ رَأْسِهِۦ مِنْ عَذَابِ ٱلْحَمِيمِ ﴿٤٨﴾

[1] Tubba-i, ni umwami yigeze gutwara Yemeni, yakomoka mu bwoko bwa Al-Himyar.

49. Maze abwirwe n'agashinyaguro n'akantu ati: "Honja rero ibihano. Mu vy'ukuri, kw'isi wari umunyacubahiro, umwubahwa mu bantu bawe.

ذُقْ إِنَّكَ أَنتَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْكَرِيمُ ﴿٤٩﴾

50. Banyavyaha! Ni ukuri ibi bihano muhawe kuri uno musi, ni bimwe mwahora mugirako amakenga ko bibaho".

إِنَّ هَٰذَا مَا كُنتُم بِهِۦ تَمْتَرُونَ ﴿٥٠﴾

51. Mu vy'ukuri, abagamburukiye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, bazoba bari mw'icumbi ritekanye ryubashwe;

إِنَّ ٱلْمُتَّقِينَ فِى مَقَامٍ أَمِينٍ ﴿٥١﴾

52. Mu mirima itotahaye, icamwo n'amazi atemba y'imbizi;

فِى جَنَّٰتٍ وَعُيُونٍ ﴿٥٢﴾

53. Bazoba bambaye impuzu zishonywe mw'iharire yoroshe n'iyiremereye, bicaye barabana amaso mu yandi;

يَلْبَسُونَ مِن سُندُسٍ وَإِسْتَبْرَقٍ مُّتَقَٰبِلِينَ ﴿٥٣﴾

54. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twahaye abagamburukiramana Ubwami bw'ijuru Tukabambika n'impuzu z'iteka - Tuzobatera n'iteka ryo kubashingira abakenyezi bo mu Bwami bw'ijuru, barangwa n'ubwiza bw'akataraboneka (Hururayini);

كَذَٰلِكَ وَزَوَّجْنَٰهُم بِحُورٍ عِينٍ ﴿٥٤﴾

55. Muri Bwo, bazosaba guherezwa amoko yose y'ivyamwa bipfuza, batekaniwe ku kuba nya vyamwa bitigera bihundura;

يَدْعُونَ فِيهَا بِكُلِّ فَٰكِهَةٍ ءَامِنِينَ ﴿٥٥﴾

56. Muri nya Bwami, ntibazoshikirwa n'urupfu ngo bapfe, kiretse urupfu rwa mbere bahonjeje bakiri kw'isi; Imana Allah, Izonabakingira ibihano vy'umuriro ururumba;

لَا يَذُوقُونَ فِيهَا ٱلْمَوْتَ إِلَّا ٱلْمَوْتَةَ ٱلْأُولَىٰ ۖ وَوَقَىٰهُمْ عَذَابَ ٱلْجَحِيمِ ﴿٥٦﴾

57. Ivyo bikazoba ku mpano no ku bugwaneza bw'Imana yawe Rurema Allah. Iyo rero, ni yo ntsinzi ihambaye.

فَضْلًا مِّن رَّبِّكَ ۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلْفَوْزُ ٱلْعَظِيمُ ﴿٥٧﴾

58. Ntumwa y'Imana! Ni ukuri Twebwe Allah, Tworoheje Qor'ani, mu kuntu isomwa no mu nsiguro yayo mu rurimi rwawe, kugira bibuke baheze bikebuke;

فَإِنَّمَا يَسَّرْنَٰهُ بِلِسَانِكَ لَعَلَّهُمْ يَتَذَكَّرُونَ ﴿٥٨﴾

59. Rindira rero ineshwa canke ihanwa ry'ababangikanyamana Twagusezeraniye, na bo nyene mu vy'ukuri baguteze imisi ko uneshwa canke ugapfa.

فَٱرْتَقِبْ إِنَّهُم مُّرْتَقِبُونَ ﴿٥٩﴾

45. Al-Jaathiyah (Umugwi upfukamye)
Aayah 37, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Haa Miim[1].

حمٓ ﴿١﴾

2. Ihishurwa ry'iki Gitabu ca Qor'ani ryavuye ku Mana Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

تَنزِيلُ ٱلْكِتَٰبِ مِنَ ٱللَّهِ ٱلْعَزِيزِ ٱلْحَكِيمِ ﴿٢﴾

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'Igisomwa Al-Baqara.

3. Mu vy'ukuri mu majuru indwi, no mw'isi izosokorokamwo ibiremwa, ari na yo irimwo ibiremwa bitandukanye mu bwoko no mu ndemo, ni ukuri muri ivyo vyose harimwo ivyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, ku bavyemera;

إِنَّ فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ لَءَايَٰتٍ لِّلْمُؤْمِنِينَ ﴿٣﴾

4. No mw'iremwa ryanyu mwebwe abantu, n'iremwa ry'ibindi biremwa bigendagenda bikwiragiye mw'isi, harimwo ivyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, ku bantu bayemera bakemera n'amabwirizwa yayo ata gukekeranya;

وَفِي خَلْقِكُمْ وَمَا يَبُثُّ مِن دَآبَّةٍ ءَايَٰتٌ لِّقَوْمٍ يُوقِنُونَ ﴿٤﴾

5. No mw'ibisikanya n'ikurakuranwa ry'ijoro n'umurango; mw'igwisha ry'imvura ivuye mu bicu izananye mu kirere, maze Imana Allah Ikanagisha ibiterwa n'ivyimeza kw'isi hakoreshejwe amazi ya nya mvura, inyuma y'igaduka no gucika ubukumbagare kw'isi; mw'isunikwa ry'umuyaga uzanana impande zose z'isi ku neza yanyu, mw'iremwa ry'ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo vyotuma abantu bafise ubwenge banyurwa n'ivyemezo vy'Imana Allah, maze bakayigamburukira.

وَٱخْتِلَٰفِ ٱلَّيْلِ وَٱلنَّهَارِ وَمَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ مِنَ ٱلسَّمَآءِ مِن رِّزْقٍ فَأَحْيَا بِهِ ٱلْأَرْضَ بَعْدَ مَوْتِهَا وَتَصْرِيفِ ٱلرِّيَٰحِ ءَايَٰتٌ لِّقَوْمٍ يَعْقِلُونَ ﴿٥﴾

6. Ntumwa y'Imana! Izo rero, ni Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah Tugusomera vy'ukuri. Mbega none, inyuma ya Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah vyemeza ko ari Yo Mana Ikwiye gusengwa vy'ukuri Itabangikanijwe, ni inkuru nyabaki bokwemera!

تِلْكَ ءَايَٰتُ ٱللَّهِ نَتْلُوهَا عَلَيْكَ بِٱلْحَقِّ ۖ فَبِأَيِّ حَدِيثٍۭ بَعْدَ ٱللَّهِ وَءَايَٰتِهِۦ يُؤْمِنُونَ ﴿٦﴾

7. Uguhanwa nya guhanwa, ni ukw'umubeshi ruhebwa wese, umunyavyaha;

وَيْلٌ لِّكُلِّ أَفَّاكٍ أَثِيمٍ ﴿٧﴾

8. Yumva Aayah z'Igitabu c'Imana Allah ca Qor'ani zisomwa, hanyuma akarendegera mu bugarariji, akagira n'amanyama n'akantu mu kutemera Imana Allah n'Intumwa yayo, nk'aho yoba atigeze yumva nya Aayah zisomwa. Ntumwa y'Imana! Mushikirize inkuru y'incamugongo yo guhabwa ibihano bibabaza ku musi w'izuka;

يَسْمَعُ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ تُتْلَىٰ عَلَيْهِ ثُمَّ يُصِرُّ مُسْتَكْبِرًا كَأَن لَّمْ يَسْمَعْهَا ۖ فَبَشِّرْهُ بِعَذَابٍ أَلِيمٍ ﴿٨﴾

9. N'iyo hagize ico amenya muri Aayah zacu, agifata minenegwe atebura. Uyo rero, ari mu bagenewe ibihano bisuzuguza ku musi w'izuka;

وَإِذَا عَلِمَ مِنْ ءَايَٰتِنَا شَيْـًٔا ٱتَّخَذَهَا هُزُوًا ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ لَهُمْ عَذَابٌ مُّهِينٌ ﴿٩﴾

10. Imbere yabo, hari umuriro wa Jahannamu ubarindiriye. Muri ico gihe rero, n'ivyo begeranije mu matungo n'abana nta na kimwe bizobamarira. Eka mbere n'ivyo bagize abahagarikizi bakabisenga mu gishingo c'Imana Allah, nta co bizobamarira. Bazoba bari no mu bihano bihambaye.

مِّن وَرَآئِهِمْ جَهَنَّمُ ۖ وَلَا يُغْنِى عَنْهُم مَّا كَسَبُوا۟ شَيْـًٔا وَلَا مَا ٱتَّخَذُوا۟ مِن دُونِ ٱللَّهِ أَوْلِيَآءَ ۖ وَلَهُمْ عَذَابٌ عَظِيمٌ ﴿١٠﴾

11. Iyi Qor'ani Twamanuye, ni uburongozi bukura abantu mu muzimagiza, ikaba n'icemezo c'ukuri kibashikana mu nzira igororotse. Nayo abagararije bagahakana Aayah

هَٰذَا هُدًى ۖ وَٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ بِـَٔايَٰتِ رَبِّهِمْ لَهُمْ عَذَابٌ مِّن رِّجْزٍ أَلِيمٌ ﴿١١﴾

n'ivyemezo vy'Imana yabo Rurema Allah, ku musi w'izuka, barategekanirijwe ibihano bibi cane kandi bibabaza;

12. Allah, ni Yo Mana Yabagiriye ibahari, kugira ricemwo ubwato bungana umusozi kw'itegeko ryayo; no kugira murondere mu mpano zayo mu ruja n'uruza mu rudandazwa; no kugira rero muyishimire, muheze muyiyegereze muri vyose munayisenge ari Imwe Rudende mutayibangikanya;

۞ٱللَّهُ ٱلَّذِى سَخَّرَ لَكُمُ ٱلْبَحْرَ لِتَجْرِىَ ٱلْفُلْكُ فِيهِ بِأَمْرِهِۦ وَلِتَبْتَغُوا۟ مِن فَضْلِهِۦ وَلَعَلَّكُمْ تَشْكُرُونَ ﴿١٢﴾

13. Yaranaborohereje kwikora ku biri mu majuru; nk'izuba, ukwezi n'inyenyeri, n'ibindi, no ku biri kw'isi; nk'ibitungwa, ibiti, n'ubwato, n'ibindi; ivyo vyose bikaba ari impano mwahawe n'Imana Allah, kugira muyisenge ari Imwe Rudende mutayibangikanya. Muri ivyo vyose rero, ni ukuri harimwo ivyemezo bigaragara vyotuma abantu biyumvira, bikebuka bakamenya ko hariho Imana Imwe Rudende.

وَسَخَّرَ لَكُم مَّا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ جَمِيعًا مِّنْهُ ۚ إِنَّ فِى ذَٰلِكَ لَءَايَٰتٍ لِّقَوْمٍ يَتَفَكَّرُونَ ﴿١٣﴾

14. Ntumwa y'Imana! Bwira abemeye Imana Allah bagakurikira n'Intumwa yayo, bababarire ababagiriye nabi mu babangikanyamana batizeye indishi ku Mana Allah, batanatinya n'ibihano vyayo, kugira Imana Allah Izobahanire ivyaha vy'ivyo bari bararondeye kw'isi;

قُل لِّلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ يَغْفِرُوا۟ لِلَّذِينَ لَا يَرْجُونَ أَيَّامَ ٱللَّهِ لِيَجْزِىَ قَوْمًۢا بِمَا كَانُوا۟ يَكْسِبُونَ ﴿١٤﴾

15. Uwukoze iciza rero, azogihemberwa ku neza yiwe. Uwukoze ikibi, na we nyene azogihanirwa ku gatwe kiwe. Hanyuma ga bantu! Impera n'imperuka muzosubizwa ku Mana yanyu Rurema Allah, maze Ihembere umwumwe wese ivyo yakoze.

مَنْ عَمِلَ صَٰلِحًا فَلِنَفْسِهِۦ ۖ وَمَنْ أَسَآءَ فَعَلَيْهَا ۖ ثُمَّ إِلَىٰ رَبِّكُمْ تُرْجَعُونَ ﴿١٥﴾

16. Ni ukuri, Twarahaye Bene Israyeli Igitabu ca Tawurati n'Injili; Tubaha no kwubahiriza ingingo z'ibiri muri ivyo Bitabu; Tugira n'Abavugishwamana benshi muri bo, mu ruvyaro rwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), Tubaronsa n'ibibabeshaho vyiza birekuwe, Tubatera n'iteka kurusha abandi bo mu gihe cabo;

وَلَقَدْ ءَاتَيْنَا بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحُكْمَ وَٱلنُّبُوَّةَ وَرَزَقْنَٰهُم مِّنَ ٱلطَّيِّبَٰتِ وَفَضَّلْنَٰهُمْ عَلَى ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿١٦﴾

17. Tubaha n'ingingo zitomoye mu mabwirizwa y'ibirekuwe n'ibibujijwe, hamwe rero n'ivyemezo bitandukanya ukuri n'ikinyoma; ntibanahazanye ngo bicemwo imigwi, kiretse inyuma y'aho bashikiriwe n'ubumenyi, bitewe no kurenganyana hagati yabo mu ntumbero yo kurondera icubahiro canke ubutegetsi. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ku musi w'izuka, Izobacira urutunganye ku vyo bahora bahazanako kw'isi[1];

وَءَاتَيْنَٰهُم بَيِّنَٰتٍ مِّنَ ٱلْأَمْرِ ۖ فَمَا ٱخْتَلَفُوٓا۟ إِلَّا مِنۢ بَعْدِ مَا جَآءَهُمُ ٱلْعِلْمُ بَغْيًۢا بَيْنَهُمْ ۚ إِنَّ رَبَّكَ يَقْضِى بَيْنَهُمْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ فِيمَا كَانُوا۟ فِيهِ يَخْتَلِفُونَ ﴿١٧﴾

[1] Iyi Aayah, irihaniza abantu ko batokwigenza nka Bene Israyeli mu guhazana bicamwo imigwi mw'idini, mu ntumbero yo kurondera ivyubahiro n'ubutegetsi, kuko bohava babihanirwa nk'uko Bene Israyeli babihaniwe.

18. Ntumwa y'Imana! Mu nyuma rero, ni ho Twagushingira ingingo z'amabwirizwa y'idini atomoye. Kurikira rero izo ngingo maze uzubahirize. Ntugakurikire ivyipfuzo vy'abadatahura nya ngingo, ata n'ukuri bazi[1].

ثُمَّ جَعَلْنَٰكَ عَلَىٰ شَرِيعَةٍ مِّنَ ٱلْأَمْرِ فَٱتَّبِعْهَا وَلَا تَتَّبِعْ أَهْوَآءَ ٱلَّذِينَ لَا يَعْلَمُونَ ﴿١٨﴾

19. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri mu gihe wokurikira ivyipfuzo vyabo, nta na kimwe bokumarira ngo bagukure mu bihano vy'Imana Allah. Mu vy'ukuri, abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, baratabarana bakagira n'urunani mu kurwanya abemeramana. Burya Imana Allah, ni Yo Muhagarikizi Atabara abagamburukiramana bubahiriza amabwirizwa yayo.

إِنَّهُمْ لَن يُغْنُوا۟ عَنكَ مِنَ ٱللَّهِ شَيْـًٔا ۚ وَإِنَّ ٱلظَّٰلِمِينَ بَعْضُهُمْ أَوْلِيَآءُ بَعْضٍ ۖ وَٱللَّهُ وَلِىُّ ٱلْمُتَّقِينَ ﴿١٩﴾

20. Ntumwa y'Imana! Iyi Qor'ani Twakumanuriye, irereka abantu itandukaniro riri gahati y'ukuri n'ikinyoma, ikaba n'uburongozi n'impuhwe ku bantu bemera ata gukekeranya, ko yoyo ari ukuri kuva ku Mana Allah.

هَٰذَا بَصَآئِرُ لِلنَّاسِ وَهُدًى وَرَحْمَةٌ لِّقَوْمٍ يُوقِنُونَ ﴿٢٠﴾

21. Ahubwo rero, abubahuka gucumura izuba riva, bakanahakana bivuye inyuma Intumwa z'Imana, bagaca kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah bakanayibangikanya, bibaza ko mu buzima bwabo bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, Twobafata co kimwe n'abemeye Imana Allah n'Intumwa zayo, bakanakora n'ivyiza bitegetswe, bakanayisenga beza n'ivyo bakora vyose ku bwayo! Ingingo yabo yo kwiyumvira ko abanyavyaha n'aberanda bofatwa kumwe, ni mbi cane.

أَمْ حَسِبَ ٱلَّذِينَ ٱجْتَرَحُوا۟ ٱلسَّيِّـَٔاتِ أَن نَّجْعَلَهُمْ كَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ سَوَآءً مَّحْيَاهُمْ وَمَمَاتُهُمْ ۚ سَآءَ مَا يَحْكُمُونَ ﴿٢١﴾

22. Imana Allah, Yaremye amajuru n'isi vy'ukuri mu ntumbero yo kubatunganiriza; no kugira umwumwe wese mu bantu azohemberwe ivyo yakoze ku musi w'izuka, kandi ntibazorenganywa namba.

وَخَلَقَ ٱللَّهُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ بِٱلْحَقِّ وَلِتُجْزَىٰ كُلُّ نَفْسٍۭ بِمَا كَسَبَتْ وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ ﴿٢٢﴾

23. Ntumwa y'Imana! Mbega warabonye uwigiriye ivyipfuzo vyiwe kuba ari yo mana yiwe, Imana Allah Iraheza Iramuhubisha kandi yaramaze gushikirwa n'ubumenyi n'ivyemezo; Itera n'ikimangu ku mutima wiwe ntihagira na kimwe atahura ngo yikebuke; Ishira no ku maso yiwe ipaziya, ntiyaba akibona ivyemezo vyayo! Ni nde wundi none yomushoboza kuba umugororotsi, inyuma y'aho Imana Allah Imurekeye agahuba ku bugaba bwiwe! Bantu! Ubwo ntimwokwibuka mukamenya ko uwo Imana Allah Iretse agahuba ku bugaba bwiwe, ata wushobora kumurongora mu nzira yayo[2]!

أَفَرَءَيْتَ مَنِ ٱتَّخَذَ إِلَٰهَهُۥ هَوَىٰهُ وَأَضَلَّهُ ٱللَّهُ عَلَىٰ عِلْمٍ وَخَتَمَ عَلَىٰ سَمْعِهِۦ وَقَلْبِهِۦ وَجَعَلَ عَلَىٰ بَصَرِهِۦ غِشَٰوَةً فَمَن يَهْدِيهِ مِنۢ بَعْدِ ٱللَّهِ ۚ أَفَلَا تَذَكَّرُونَ ﴿٢٣﴾

[1] Iyi Aayah, irerekana ko idini ritunganye mu ngingo no mu mabwirizwa vyayo, ari ubwislamu; bikaba ngombwa rero, ko akurikizwa ata guhesha, ha gushira imbere ivyipfuzo vy'abantu.

[1] Iyi Aayah, irihaniza umuntu gukora ivyo akora yisunze ivyipfuzo vyiwe, ha kwisunga ingingo n'amabwirizwa vy'Imana Allah.

24. Ababangikanyamana bavuze bahakana bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa bati: "Ubuzima, si ikindi kiretse ko ari ubu buzima nyene tubayeho kw'isi, nta bundi buzima bubaho inyuma yo gupfa; nta n'ikindi gituma dupfa tugahona, kiretse ibihe bidutitura tugapfa, si Imana Allah". Abo babangikanyamana rero, nta bumenyi bafise ku vyerekeye ubuzima no gupfa hamwe n'izurwa ry'ibiremwa, bapfa kuvuga gusa ivyo bibwiye;

وَقَالُوا۟ مَا هِىَ إِلَّا حَيَاتُنَا ٱلدُّنْيَا نَمُوتُ وَنَحْيَا وَمَا يُهْلِكُنَآ إِلَّا ٱلدَّهْرُ ۚ وَمَا لَهُم بِذَٰلِكَ مِنْ عِلْمٍ ۖ إِنْ هُمْ إِلَّا يَظُنُّونَ ﴿٢٤﴾

25. N'iyo basomewe Aayah zacu zitomoye, nta cemezo baronka bisunga, kiretse ukuvuga bati: "Ewe Muhamadi! Wewe n'abemeramana muri kumwe, enda nyabuna rero, nimugarure kw'isi ba data bapfuye kera, nimwaba koko muri imvugakuri, ko abantu bazosubizwa ubuzima bakazuka!".

وَإِذَا تُتْلَىٰ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتُنَا بَيِّنَٰتٍ مَّا كَانَ حُجَّتَهُمْ إِلَّآ أَن قَالُوا۟ ٱئْتُوا۟ بِـَٔابَآئِنَآ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٢٥﴾

26. Ntumwa y'Imana! Bwira abahakana bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa, uti: "Imana Allah, Ibaha ubuzima mukaba kw'isi ikiringo Ishatse; hanyuma Ikabaka nya buzima mugapfa ikiringo co kubaho kwanyu giheze; mu nyuma rero, Izobasubiza ubuzima muzuke, maze Ibegeranirize hamwe mwese ku musi w'izuka ata makenga ko uzoshika. Ariko rero abenshi mu bantu, ntibazi ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah mu gutuma abantu bapfa, no mu kubasubiza ubuzima bakazozuka ku musi w'izuka".

قُلِ ٱللَّهُ يُحْيِيكُمْ ثُمَّ يُمِيتُكُمْ ثُمَّ يَجْمَعُكُمْ إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ لَا رَيْبَ فِيهِ وَلَٰكِنَّ أَكْثَرَ ٱلنَّاسِ لَا يَعْلَمُونَ ﴿٢٦﴾

27. Imana Allah, ni Yo Nyenubwami Igaba Ikaganza amajuru indwi n'isi n'ibiri muri vyo. Umusi umuhero w'isi wageze rero, ibiremwa vyose bigahwera, hanyuma bikazuka kugira bihemberwe ivyo vyakoze, kuri uwo musi abahakana Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, bazogira agahombo gakomeye;

وَلِلَّهِ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ وَيَوْمَ تَقُومُ ٱلسَّاعَةُ يَوْمَئِذٍ يَخْسَرُ ٱلْمُبْطِلُونَ ﴿٢٧﴾

28. Ntumwa y'Imana! Kuri uyo musi, uzobona umugwi umwumwe w'abantu basenga mw'idini rimwe upfukamye watekewe n'ubwoba n'akantu, maze umugwi wose uhamagarirwe kwumviriza ibiri mu gitabu cawo, maze ubwirwe uti: "Uno musi rero, muhemberwa ivyo mwari mwarakoze kw'isi".

وَتَرَىٰ كُلَّ أُمَّةٍ جَاثِيَةً ۚ كُلُّ أُمَّةٍ تُدْعَىٰٓ إِلَىٰ كِتَٰبِهَا ٱلْيَوْمَ تُجْزَوْنَ مَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٢٨﴾

29. Iki, ni igitabu cacu kibabwira vy'ukuri ido n'ido ku vyo mwakoze ata kirenzeko ata n'ikibuzeko. Mu vy'ukuri, Twahora Dutegeka abamalayika babungabunga ivyo mukora, kwandika ibikorwa vyanyu.

هَٰذَا كِتَٰبُنَا يَنطِقُ عَلَيْكُم بِٱلْحَقِّ ۚ إِنَّا كُنَّا نَسْتَنسِخُ مَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٢٩﴾

30. Abemeye rero Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, Imana yabo Rurema Allah, Izoheza Ibinjize ku mpuhwe zayo mu Bwami bw'ijuru. Iyo rero, ni yo ntsinzi igaragara.

فَأَمَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ فَيُدْخِلُهُمْ رَبُّهُمْ فِى رَحْمَتِهِۦ ۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلْفَوْزُ ٱلْمُبِينُ ﴿٣٠﴾

31. Nayo abagararije Imana Allah bakanahakana bivuye inyuma Intumwa zayo, bazobwirwa bati: “Mbega ntimwasomewe Aayah zanje mukiri kw’isi, mukagira amanyama mu kutazemera, mukaba mwari n’abantu b’abanyavyaha!

وَأَمَّا ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓاْ أَفَلَمۡ تَكُنۡ ءَايَٰتِي تُتۡلَىٰ عَلَيۡكُمۡ فَٱسۡتَكۡبَرۡتُمۡ وَكُنتُمۡ قَوۡمٗا مُّجۡرِمِينَ ٣١

32. Mubwiwe ko mu vy’ukuri isezerano ry’Imana Allah ryo kuzura ibiremwa, ari iry’ukuri; n’uko umuhero w’isi ata makenga ko uriho”, mwaca mwishura muti: “Ntituzi ico ari co umuhero w’isi! Ntituniteze umuzo wawo, kiretse ku gukekeranya gusa, eka mbere ntitunemera ko nya muhero ubaho”.

وَإِذَا قِيلَ إِنَّ وَعۡدَ ٱللَّهِ حَقّٞ وَٱلسَّاعَةُ لَا رَيۡبَ فِيهَا قُلۡتُم مَّا نَدۡرِي مَا ٱلسَّاعَةُ إِن نَّظُنُّ إِلَّا ظَنّٗا وَمَا نَحۡنُ بِمُسۡتَيۡقِنِينَ ٣٢

33. Kuri uwo musi w’iharurirwa ry’ibiremwa rero, abagararije Aayah n’ivyemezo vy’Imana Allah, bazobona indishi y’ibibi bakoze, bazokwugarizwa n’ibihano bibabaza ku vyo bahora bateburako;

وَبَدَا لَهُمۡ سَيِّـَٔاتُ مَا عَمِلُواْ وَحَاقَ بِهِم مَّا كَانُواْ بِهِۦ يَسۡتَهۡزِءُونَ ٣٣

34. Baheze babwirwe n’Imana Allah bati: “Kuri uno musi, Turabirengagije mu kubagumiza mu bihano vya Jahannamu nka kurya mwirengagije ukwemera, mukareka kwitegurira uyu musi wanyu, n’ubushikiro bwanyu rero ni mu muriro wa Jahannamu, nta n’umwe muronka abatabara ngo abakingire ibihano;

وَقِيلَ ٱلۡيَوۡمَ نَنسَىٰكُمۡ كَمَا نَسِيتُمۡ لِقَآءَ يَوۡمِكُمۡ هَٰذَا وَمَأۡوَىٰكُمُ ٱلنَّارُ وَمَا لَكُم مِّن نَّٰصِرِينَ ٣٤

35. Ivyo bihano mwahawe, vyaturutse ku gufata Aayah n’ivyemezo vy’Imana Allah minenegwe, mukabiteburako, no kuba mwarahenzwe mutwarwa n’ibihendamaso vyo mu buzima bwo kw’isi”. Kuri uno musi rero, ntibarota bava mu muriro wa Jahannamu, eka mbere ntibanasubizwa kw’isi ngo bigaye, baheze bakore ibikorwa vyiza.

ذَٰلِكُم بِأَنَّكُمُ ٱتَّخَذۡتُمۡ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ هُزُوٗا وَغَرَّتۡكُمُ ٱلۡحَيَوٰةُ ٱلدُّنۡيَاۚ فَٱلۡيَوۡمَ لَا يُخۡرَجُونَ مِنۡهَا وَلَا هُمۡ يُسۡتَعۡتَبُونَ ٣٥

36. Kubera ivyo vyose rero, ishimagizwa ni iry’Imana Rurema Allah, Umubungabunzi w’amajuru n’isi, Ikaba n’Umubungabunzi w’ibiremwa vyose;

فَلِلَّهِ ٱلۡحَمۡدُ رَبِّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَرَبِّ ٱلۡأَرۡضِ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٣٦

37. Ni Yo Ikwiye kwigamba ku butwari n’ubutore vyayo mu majuru no mw’isi, ni na Yo rero Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَلَهُ ٱلۡكِبۡرِيَآءُ فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ وَهُوَ ٱلۡعَزِيزُ ٱلۡحَكِيمُ ٣٧

46. Al-Ahqaaf (Ahahoze imihana ya Bene Aadi)
Aayah 35, Makka

Kw’izina ry’Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Haa Miim[1].

حمٓ ١

2. Ihishurwa ry’iki Gitabu ca Qor’ani ryavuye ku Mana Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

تَنزِيلُ ٱلۡكِتَٰبِ مِنَ ٱللَّهِ ٱلۡعَزِيزِ ٱلۡحَكِيمِ ٢

[1] Raba insiguro y’indome zitangura mu ntango y’Igisomwa Al-Baqara.

مَا خَلَقْنَا ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ وَمَا بَيْنَهُمَآ إِلَّا بِٱلْحَقِّ وَأَجَلٍ مُّسَمًّى ۚ وَٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ عَمَّآ أُنذِرُوا۟ مُعْرِضُونَ ۝٣

3. Twebwe Allah, ntitwaremye amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo, atari ukugira vy'ukuri abantu bamenye ubushobozi n'ububasha vy'Iyabiremye, baheze bayiyegereze muri vyose banayisenge ari Imana Imwe Rudende; bamenye n'uko Ishoboye kubazura inyuma yo gupfa; no kugira bagendere ukuri n'ubutungane hagati yabo; no kugira rero babeho ubuzima bwabo gushika isango nyezina ryo gupfa ry'umwe wese rishike, ace apfa. Nayo abahakanye ko Allah ari Yo Mana y'ukuri, barirengagiza ibihano Qor'ani ibagabishako, ntibikebuke;

قُلْ أَرَءَيْتُم مَّا تَدْعُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ أَرُونِى مَاذَا خَلَقُوا۟ مِنَ ٱلْأَرْضِ أَمْ لَهُمْ شِرْكٌ فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ ٱئْتُونِى بِكِتَٰبٍ مِّن قَبْلِ هَٰذَآ أَوْ أَثَٰرَةٍ مِّنْ عِلْمٍ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ۝٤

4. Ntumwa y'Imana! Bwira abahakanye ko Allah ari Yo Mana y'ukuri uti: "Aho nyene muriko murararaba ibigirwamana musenga mu gishingo c'Imana Allah, mwoshobora kunyereka n'ikintu na kimwe vyaremye kw'isi! Canke hari umugabane vyoba bifise bibangikanijeko n'Imana Allah mw'iremwa ry'amajuru! Enda nyabuna rero, nimunzanire Igitabu mubisomamwo cavuye ku Mana Allah imbere y'ihishurwa rya Qor'ani, canke mumpe ico ari co cose mufise mu bisigarira vy'ubumenyi nimwaba muri imvugakuri".

وَمَنْ أَضَلُّ مِمَّن يَدْعُوا۟ مِن دُونِ ٱللَّهِ مَن لَّا يَسْتَجِيبُ لَهُۥٓ إِلَىٰ يَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ وَهُمْ عَن دُعَآئِهِمْ غَٰفِلُونَ ۝٥

5. Nta wahuvye yoza angana n'uwusaba ibigirwamana mu gishingo c'Imana Allah, akabisaba bitanashoboye no kwishura igisabisho c'uwubisavye; n'aho yobirindira gushika ku musi w'umuhero w'isi, ntibizopfa bimwishuye kuko ata co vyimariye, nkeswe kugira ico bimariye uwubisaba, eka mbere ntibizi n'uko hari n'uwubisaba.

وَإِذَا حُشِرَ ٱلنَّاسُ كَانُوا۟ لَهُمْ أَعْدَآءً وَكَانُوا۟ بِعِبَادَتِهِمْ كَٰفِرِينَ ۝٦

6. Igihe rero abantu begeranirijwe hamwe ku musi w'izuka kugira baharurirwe, baheze bahemberwe ivyo bakoze, ibigirwamana bahora basenga kw'isi bizobabera abansi, bibihakane binabavume, maze vyihakane vyongere vyamirire kure ko bitigeze bimenya ko vyasengwa.

وَإِذَا تُتْلَىٰ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتُنَا بَيِّنَٰتٍ قَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لِلْحَقِّ لَمَّا جَآءَهُمْ هَٰذَا سِحْرٌ مُّبِينٌ ۝٧

7. Iyo ababangikanyamana basomewe Aayah zacu zitomoye, abagararije ukuri igihe kubashikira, baca bavuga bati: "Iyi Qor'ani, ni uburozi bweruye".

أَمْ يَقُولُونَ ٱفْتَرَىٰهُ ۖ قُلْ إِنِ ٱفْتَرَيْتُهُۥ فَلَا تَمْلِكُونَ لِى مِنَ ٱللَّهِ شَيْـًٔا ۖ هُوَ أَعْلَمُ بِمَا تُفِيضُونَ فِيهِ ۖ كَفَىٰ بِهِۦ شَهِيدًۢا بَيْنِى وَبَيْنَكُمْ ۖ وَهُوَ ٱلْغَفُورُ ٱلرَّحِيمُ ۝٨

8. Ahubwo rero, boba bavuga ko Muhamadi yarementanije Qor'ani! Ntumwa y'Imana! Bishure uti: "Mu gihe noyirementanya maze Imana Allah Ikampana, nta na kimwe mwomarira ngo munkureko ibihano vyayo. Burya Imana Allah, ni Yo Izi neza ivyo muvuga vyose ku vyerekeye iyi Qor'ani. Imana Allah, Irakwiye Ubwayo kuba Icabona hagati yanje na mwe, ni na Yo rero Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo".

قُلْ مَا كُنتُ بِدْعًا مِّنَ ٱلرُّسُلِ وَمَآ أَدْرِى مَا يُفْعَلُ بِى وَلَا بِكُمْ ۖ إِنْ أَتَّبِعُ إِلَّا مَا يُوحَىٰٓ إِلَىَّ وَمَآ أَنَا۠ إِلَّا نَذِيرٌ مُّبِينٌ ﴿٩﴾

9. Ntumwa y'Imana! Bwira ababangikanyamana uti: "Si jewe mbaye uwa mbere mu Ntumwa zarungitswe n'Imana Allah ku biremwa; kandi kuri iyi si, sinzi n'ico Imana Allah Izonkorera yaba jewe canke mwebwe, sinkurikira mu vyo ndababwiriza no mu vyo nkora, kiretse ku vyo mpishurirwa na Yo; kandi jewe nta co ndi, kiretse ko ndi Umugabisha ku bihano vyayo, atomora amabwirizwa yayo".

قُلْ أَرَءَيْتُمْ إِن كَانَ مِنْ عِندِ ٱللَّهِ وَكَفَرْتُم بِهِۦ وَشَهِدَ شَاهِدٌ مِّنۢ بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ عَلَىٰ مِثْلِهِۦ فَـَٔامَنَ وَٱسْتَكْبَرْتُمْ ۖ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٠﴾

10. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Nimumbwire, mu gihe iyi Qor'ani yoba yavuye ku Mana Allah, maze mukayihakana mwivuye inyuma, hakaba n'icabona[1] kivuye muri Bene Israyeli, cemeza ko muri Tawurati harimwo ibifitaniye isano na yo, kikaza cemeza umuzo w'Intumwa ari yo jewe Muhamadi, kikanagendera ibiri muri Qor'ani, na mwe mukirenganya mukagira amanyama mu kutavyemera, hari ukugarariza kwoza kuruta ukwo! Mu vy'ukuri Imana Allah, ntirongora mu nzira yayo y'ubwislamu abantu birenganya mu kuyigarariza no mu kurenga ku mabwirizwa yayo".

وَقَالَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لِلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَوْ كَانَ خَيْرًا مَّا سَبَقُونَآ إِلَيْهِ ۚ وَإِذْ لَمْ يَهْتَدُوا۟ بِهِۦ فَسَيَقُولُونَ هَٰذَآ إِفْكٌ قَدِيمٌ ﴿١١﴾

11. Abagararije ko Muhamadi ari Intumwa y'Imana, barinamuye babwira abayemeye bati: "Iyo ukwemera kwanyu kuba kurimwo ineza, ntimwari kudutanga kumwemera". Ku kubera rero Qor'ani ata co yabamariye ngo barongoke, bazokwigovyora bati: "Qor'ani, ni ikinyoma ceruye cabuwe ku bakera".

وَمِن قَبْلِهِۦ كِتَٰبُ مُوسَىٰٓ إِمَامًا وَرَحْمَةً ۚ وَهَٰذَا كِتَٰبٌ مُّصَدِّقٌ لِّسَانًا عَرَبِيًّا لِّيُنذِرَ ٱلَّذِينَ ظَلَمُوا۟ وَبُشْرَىٰ لِلْمُحْسِنِينَ ﴿١٢﴾

12. Ico bomenya co, ni uko imbere y'ihishurwa rya Qor'ani, Twamanuye Tawurati yahawe Musa, kugira irongore Bene Israyeli, iheze ibere impuhwe uwuyemera akanagendera ibiri muri yo. Iyi Qor'ani na yo rero, ishimangira ukuri kuri mu Bitabu vyo hambere yayo kwahavuye guhindagurwa, Twayimanuye mu rurimi rw'icarabu kugira igabishe ku bihano vy'Imana Allah abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa yayo, yongere ishikirize n'inkuru nziza ihumuriza abumvira Imana Allah mu bugwaneza, ko bagenewe Ubwami bw'ijuru.

إِنَّ ٱلَّذِينَ قَالُوا۟ رَبُّنَا ٱللَّهُ ثُمَّ ٱسْتَقَٰمُوا۟ فَلَا خَوْفٌ عَلَيْهِمْ وَلَا هُمْ يَحْزَنُونَ ﴿١٣﴾

13. Mu vy'ukuri, abemanze bakavuga bati: "Imana yacu Rurema ni Allah", hanyuma bakagororoka mu kwemera kwabo, nta bwoba kuri bo bwo guhanwa, eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu ku vyo basize kw'isi.

أُو۟لَٰٓئِكَ أَصْحَٰبُ ٱلْجَنَّةِ خَٰلِدِينَ فِيهَا جَزَآءًۢ بِمَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١٤﴾

14. Abo, ni bo bantu rero bo mu Bwami bw'ijuru, bazobubamwo ibihe bidahera ku mpuhwe z'Imana Allah; iyo rero ni yo mpembo ku vyiza bari barakoze kw'isi.

[2] Ico cabona, ni Abdu Llaahi mwene Salaam, akaba yari umwe mu bamenyi bo muri Bene Israyeli imbere yuko aba umwislamu.

15. Twategetse umuntu kwubaha no kwubahiriza abavyeyi biwe mu bugwaneza[1]; na canecane nyina wiwe kuko yamutwaye imbanyi umuruho ku wundi; aranamwibaruka umuruho ku wundi; gutyo ikiringo co kumutwara imbanyi gushika acuke, kiba amezi mirongo itatu. Umuntu rero, amaze kugera mu bigero vy'umugabo abushitse, maze agashikana imyaka mirongo ine, araheza agasaba Imana Allah atakamba ati: "Mana yanje Rurema Allah! Mpa kwama nibuka gushima inema zawe Wampaye, jewe hamwe n'abavyeyi banje, Wongere Unshoboze no gukora ivyiza bigushimisha, Unampere n'indero nziza n'ukuroranirwa uruvyaro rwanje. Jewe mu vy'ukuri, nigaye kuri Wewe ivyaha vyanje, kandi ndi no mu bicisha bugufi mu kwubahiriza amabwirizwa yawe".

وَوَصَّيْنَا ٱلْإِنسَٰنَ بِوَٰلِدَيْهِ إِحْسَٰنًا ۖ حَمَلَتْهُ أُمُّهُۥ كُرْهًا وَوَضَعَتْهُ كُرْهًا ۖ وَحَمْلُهُۥ وَفِصَٰلُهُۥ ثَلَٰثُونَ شَهْرًا ۚ حَتَّىٰٓ إِذَا بَلَغَ أَشُدَّهُۥ وَبَلَغَ أَرْبَعِينَ سَنَةً قَالَ رَبِّ أَوْزِعْنِىٓ أَنْ أَشْكُرَ نِعْمَتَكَ ٱلَّتِىٓ أَنْعَمْتَ عَلَىَّ وَعَلَىٰ وَٰلِدَىَّ وَأَنْ أَعْمَلَ صَٰلِحًا تَرْضَىٰهُ وَأَصْلِحْ لِى فِى ذُرِّيَّتِىٓ ۖ إِنِّى تُبْتُ إِلَيْكَ وَإِنِّى مِنَ ٱلْمُسْلِمِينَ ﴿١٥﴾

16. Abo, ni bo rero Twakirira ivyiza mu vyo bakoze Tukabibungabunga, Tukanirengagiza ibicumuro vyabo, ntitubibahanire, bari no mu bantu bo mu Bwami bw'ijuru. Iri, ni ryo sezerano ry'ukuri Twabahaye.

أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ نَتَقَبَّلُ عَنْهُمْ أَحْسَنَ مَا عَمِلُوا۟ وَنَتَجَاوَزُ عَن سَيِّـَٔاتِهِمْ فِىٓ أَصْحَٰبِ ٱلْجَنَّةِ ۖ وَعْدَ ٱلصِّدْقِ ٱلَّذِى كَانُوا۟ يُوعَدُونَ ﴿١٦﴾

17. Hari n'uwabwiye abavyeyi biwe igihe bamurarikira ukwemera Imana Allah n'ukwemera izurwa ry'ibiremwa, maze arimyoza avuga ati: "Nimumveko! Mbega munsezeranira ko nzozuka nkava mu kuzimu nkomeye, kandi hari imigwi n'iyindi y'abantu bo hambere yanje bapfuye, ata n'umwe muri bo gushika n'ubu arazuka!". Nya bavyeyi ntibacitse intege, bashishikaye bamusabira ku Mana Allah ko Yomurongora, maze bamubwira bamwinginga bati: "Nyakugorwa! Enda nyabuna rero, niwemere Imana Allah, mu vy'ukuri isezerano ryayo ryo kuzura abapfuye, ni iry'ukuri". Araheza rero, abishura n'akagagazo n'akantu ati: "Ivyo muvuga, si ikindi kiretse ko ari imigani n'ibitito vy'ab'aho hambere".

وَٱلَّذِى قَالَ لِوَٰلِدَيْهِ أُفٍّ لَّكُمَآ أَتَعِدَانِنِىٓ أَنْ أُخْرَجَ وَقَدْ خَلَتِ ٱلْقُرُونُ مِن قَبْلِى وَهُمَا يَسْتَغِيثَانِ ٱللَّهَ وَيْلَكَ ءَامِنْ إِنَّ وَعْدَ ٱللَّهِ حَقٌّ فَيَقُولُ مَا هَٰذَآ إِلَّآ أَسَٰطِيرُ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿١٧﴾

18. Abarangwa n'izo ngeso mbi rero, ni bo bazokwagirwa n'ibihano vy'Imana Allah, bakazohanirwa hamwe n'imigwi y'abagararije hambere yabo mu bantu no mu Majini. Mu vy'ukuri, bari no mu bahomvye mu buzima bwabo bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, kuko biguze ubuhuvyi ha kurongoka.

أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ حَقَّ عَلَيْهِمُ ٱلْقَوْلُ فِىٓ أُمَمٍ قَدْ خَلَتْ مِن قَبْلِهِم مِّنَ ٱلْجِنِّ وَٱلْإِنسِ ۖ إِنَّهُمْ كَانُوا۟ خَٰسِرِينَ ﴿١٨﴾

19. Umugwi umwumwe wose rero, waba uw'abakoze ivyiza canke uw'abakoze ibibi, urafise urugezo rwo guhemberwako ku musi w'izuka, hisunzwe ivyo wakoze kw'isi, kugira Imana Allah Izotunganirize umugwi wose

وَلِكُلٍّ دَرَجَٰتٌ مِّمَّا عَمِلُوا۟ ۖ وَلِيُوَفِّيَهُمْ أَعْمَٰلَهُمْ وَهُمْ لَا يُظْلَمُونَ ﴿١٩﴾

[1] Umuntu ategetswe kwubaha no kwubahiriza abavyeyi biwe, mu buzima bwabo bwose n'inyuma y'aho bamaze gupfa, na canecane nyina wiwe.

muri yo ku vyo wakoze. Eka mbere nta n'umwe muri iyo migwi, uzorenganywa mu kurengerezwa urugero rw'ibihano canke mu kugabanywa indishi.

وَيَوْمَ يُعْرَضُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ عَلَى ٱلنَّارِ أَذْهَبْتُمْ طَيِّبَٰتِكُمْ فِى حَيَاتِكُمُ ٱلدُّنْيَا وَٱسْتَمْتَعْتُم بِهَا فَٱلْيَوْمَ تُجْزَوْنَ عَذَابَ ٱلْهُونِ بِمَا كُنتُمْ تَسْتَكْبِرُونَ فِى ٱلْأَرْضِ بِغَيْرِ ٱلْحَقِّ وَبِمَا كُنتُمْ تَفْسُقُونَ ﴿٢٠﴾

20. Umusi rero abagararije beretswe ibihano vy'umuriro kugira bahanwe, maze bakabwirwa n'agashinyaguro n'akantu bati: "Ivyiza vyanyu mwabihereje mu buzima bwanyu bwo kw'isi, muraheza muraryimara mu kuryoherwa. Bagarariji! Kuri uno musi rero, muhabwa ibihano bisuzuguza biturutse ku kuntu mwahora mugira amanyama kw'isi mu gukora ivyo mutarekuriwe, n'ukuntu mwari ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah".

۞وَٱذْكُرْ أَخَا عَادٍ إِذْ أَنذَرَ قَوْمَهُۥ بِٱلْأَحْقَافِ وَقَدْ خَلَتِ ٱلنُّذُرُ مِنۢ بَيْنِ يَدَيْهِ وَمِنْ خَلْفِهِۦٓ أَلَّا تَعْبُدُوٓا۟ إِلَّا ٱللَّهَ إِنِّىٓ أَخَافُ عَلَيْكُمْ عَذَابَ يَوْمٍ عَظِيمٍ ﴿٢١﴾

21. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'Umuvugishwamana Huudi mwenewabo na Bene Aadi, igihe yagabisha abantu biwe ku bihano vy'Imana Allah, bakaba baba ahitwa Al-Ahqaafu[1]. Ni ukuri, n'imbere y'irungikwa ryiwe no mu nyuma y'aho, hararungitswe n'izindi Ntumwa zigabisha abantu ku bihano vy'Imana Allah, imwe yose muri zo yashikiriza ubutumwa nk'ubwo izindi zashikiriza, iti: "Ntimukiyegereze mu vyo mukora vyose ngo munasenge ikintu na kimwe atari Imana Allah, mu vy'ukuri ndatinya ko mwoshikirwa n'ibihano vyo ku musi w'intureka zihambaye, umusi w'izurwa ry'ibiremwa".

قَالُوٓا۟ أَجِئْتَنَا لِتَأْفِكَنَا عَنْ ءَالِهَتِنَا فَأْتِنَا بِمَا تَعِدُنَآ إِن كُنتَ مِنَ ٱلصَّٰدِقِينَ ﴿٢٢﴾

22. Bene Aadi babwiye Huudi bati: "Karashize ingani, utuzanire ubutumwa bwo kugira udukure kw'isengwa ry'imana zacu! Enda nyabuna rero, ko tuvyanse, duhe ibihano udusezeranira niwaba uri mu mvugakuri koko".

قَالَ إِنَّمَا ٱلْعِلْمُ عِندَ ٱللَّهِ وَأُبَلِّغُكُم مَّآ أُرْسِلْتُ بِهِۦ وَلَٰكِنِّىٓ أَرَىٰكُمْ قَوْمًا تَجْهَلُونَ ﴿٢٣﴾

23. Huudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yabishuye ati: "Ni ukuri isango ivyo bihano ndabasezeranira vyoshikirako, rizwi n'Imana Allah, ico njejwe ni ukubashikiriza ubutumwa narungikanwe. Ariko rero n'aho biri ukwo, jewe mbona ko mwebwe muri ibijuju ku kwihutira gusaba ko muhanwa".

فَلَمَّا رَأَوْهُ عَارِضًا مُّسْتَقْبِلَ أَوْدِيَتِهِمْ قَالُوا۟ هَٰذَا عَارِضٌ مُّمْطِرُنَا ۚ بَلْ هُوَ مَا ٱسْتَعْجَلْتُم بِهِۦ ۖ رِيحٌ فِيهَا عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٢٤﴾

24. Aho baboneye rero igicu ciyegeranije mu kirere cerekera mu kabande kabo, kikaba carimwo ibihano biturutse hejuru basezeraniwe, bavuze bati: "Iki gicu gihava kiduha akavura maze duhembuke". Huudi yababwiye ati: "Haba namba! Si igicu c'imvura nk'uko muvyibaza, ahubwo nyabuna, ni vya bihano mwihutira kwisabira, ni igicu kizananye n'igihuhusi kirimwo ibihano bikaze".

[1] Al-Ahqaafu, ni akarere Bene Aadi babamwo, igihe barungikirwa Umuvugishwamana Aadi, ubu hakaba ari ubugaragwa bugizwe n'umusenyi mwinshi mu bumanuko bw'Ikigobe c'Abarabu.

25. Nya gihuhusi, carandurana n'imizi ikintu ico ari co cose vyahura kw'itegeko ry'Imana yaco Rurema Allah. Ni ho rero, Bene Aadi bahona bose, nta n'igisanira wobona casigaye muri bo, kiretse ko hasigaye imihana yabo babamwo ahitwa Al-Ahqaafu. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twahoneje Bene Aadi - Duhana abantu b'ababanyavyaha barenga ku mabwirizwa yacu.

تُدَمِّرُ كُلَّ شَيْءٍۭ بِأَمْرِ رَبِّهَا فَأَصْبَحُوا۟ لَا يُرَىٰٓ إِلَّا مَسَٰكِنُهُمْ ۚ كَذَٰلِكَ نَجْزِى ٱلْقَوْمَ ٱلْمُجْرِمِينَ ﴿٢٥﴾

26. Bakorayishi! Ni ukuri Bene Aadi, Twari Twarabahaye ibibatsimbataza kw'isi ku rugero rusumba kure n'iyo ivyo Twabahaye bibatsimbataje kw'isi; Twabagiriye n'amatwi, amaso n'imishaha kugira babikoreshe mu kwumva no mu kubona ukuri, baheze batahure bagukurikire; ariko nya matwi, amaso hamwe n'imishaha nta na kimwe vyabamariye, kuko bahora bahakana bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, maze bugarizwa n'ibihano bibabaza, bahora bateburako.

وَلَقَدْ مَكَّنَّٰهُمْ فِيمَآ إِن مَّكَّنَّٰكُمْ فِيهِ وَجَعَلْنَا لَهُمْ سَمْعًا وَأَبْصَٰرًا وَأَفْـِٔدَةً فَمَآ أَغْنَىٰ عَنْهُمْ سَمْعُهُمْ وَلَآ أَبْصَٰرُهُمْ وَلَآ أَفْـِٔدَتُهُم مِّن شَىْءٍ إِذْ كَانُوا۟ يَجْحَدُونَ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ وَحَاقَ بِهِم مَّا كَانُوا۟ بِهِۦ يَسْتَهْزِءُونَ ﴿٢٦﴾

27. Bantu b'i Makka! Ni ukuri, Twarahoneje uducimbiri turi mu micungararo yanyu; nk'uducimbiri twa Bene Aadi na Bene Thamuudi, maze ducika iciro ry'umugani. Emwe! Twari Twaranabatomoreye Aayah n'ivyemezo vyacu, kugira bisubireko, ariko barananye kwisubirako.

وَلَقَدْ أَهْلَكْنَا مَا حَوْلَكُم مِّنَ ٱلْقُرَىٰ وَصَرَّفْنَا ٱلْـَٔايَٰتِ لَعَلَّهُمْ يَرْجِعُونَ ﴿٢٧﴾

28. None ga ntu! Ibigirwamana bigiriye bakabisenga bibwira ko bibegereza ku Mana Allah, ntivyari kubatabara ngo ntibahone! Ahubwo rero, vyarazimanganye bigenda amazimayongo, nta n'ico vyabamariye. Iryo, ni irementanya ryabo barementanya mu kubigira imana.

فَلَوْلَا نَصَرَهُمُ ٱلَّذِينَ ٱتَّخَذُوا۟ مِن دُونِ ٱللَّهِ قُرْبَانًا ءَالِهَةً ۖ بَلْ ضَلُّوا۟ عَنْهُمْ ۚ وَذَٰلِكَ إِفْكُهُمْ وَمَا كَانُوا۟ يَفْتَرُونَ ﴿٢٨﴾

29. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Tukurungikira umugwi w'Amajini, kugira ngo yumvirize Qor'ani wariko urasoma, amaze kugushikira abwirana hagati yayo ati: "Nimucereze twumvirize Qor'ani". Intumwa rero imaze kurangiza gusoma Qor'ani, nya mugwi w'Amajini waciye usubira kuri benewabo, uraheza urabagabisha ko bokwibonerako mu kuronka ibihano vy'Imana Allah, mu gihe bokwanka kwemera.

وَإِذْ صَرَفْنَآ إِلَيْكَ نَفَرًا مِّنَ ٱلْجِنِّ يَسْتَمِعُونَ ٱلْقُرْءَانَ فَلَمَّا حَضَرُوهُ قَالُوٓا۟ أَنصِتُوا۟ ۖ فَلَمَّا قُضِىَ وَلَّوْا۟ إِلَىٰ قَوْمِهِم مُّنذِرِينَ ﴿٢٩﴾

30. Nya Majini araheza avuga ati: "Emwe benewacu! Mu vy'ukuri twebwe, twumvise Igitabu camanuwe mu nyuma ya Musa, gishimangira ukuri kuri mu Bitabu vyo hambere yaco vyamanuwe n'Imana Allah ku Ntumwa zayo, kirongora mu kuri no mu nzira igororotse;

قَالُوا۟ يَٰقَوْمَنَآ إِنَّا سَمِعْنَا كِتَٰبًا أُنزِلَ مِنۢ بَعْدِ مُوسَىٰ مُصَدِّقًا لِّمَا بَيْنَ يَدَيْهِ يَهْدِىٓ إِلَى ٱلْحَقِّ وَإِلَىٰ طَرِيقٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٣٠﴾

31. Emwe benewacu! Enda nyabuna rero, nimwumvire Intumwa y'Imana Muhamadi ku vyo ibararikira, maze muyemere, mugendere n'ivyo ibigisha, gutyo Imana Allah Ice Ibagumiriza akabanga ku vyaha vyanyu, Iheze Ibababarire, Yongere Ibakingire n'ibihano bibabaza vyo mu muriro udahera;

يَٰقَوْمَنَآ أَجِيبُوا۟ دَاعِىَ ٱللَّهِ وَءَامِنُوا۟ بِهِۦ يَغْفِرْ لَكُم مِّن ذُنُوبِكُمْ وَيُجِرْكُم مِّنْ عَذَابٍ أَلِيمٍ ﴿٣١﴾

32. Aboramuka rero banse kwumvira Intumwa y'Imana Muhamadi ku vyo ibararikira, nibamenye ko badashobora kunanira Imana Allah ko Ibahanira aho hose bazoba bari kw'isi; muri ico gihe, nta muhagarikizi n'umwe atari Imana Allah bazoronka yobakura mu bihano vyayo. Abo, ni bo rero bari mu muzimagiza ugaragara uri kure cane y'ukuri".

وَمَن لَّا يُجِبْ دَاعِيَ ٱللَّهِ فَلَيْسَ بِمُعْجِزٍ فِي ٱلْأَرْضِ وَلَيْسَ لَهُۥ مِن دُونِهِۦٓ أَوْلِيَآءُ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ فِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٣٢﴾

33. Mbega abahakana izurwa ry'ibiremwa baragoswe, ntibamenya ko Imana Allah Yaremye amajuru n'isi mu buryo buhimbaye ata n'ico Irinze gufatirako, Itanaruhishijwe n'iremwa ryavyo, Ishoboye gusubiza ubuzima abapfuye maze bakazuka! Ego cane Irabishoboye. Mu vy'ukuri rero, ni Yo Mushoboravyose.

أَوَلَمْ يَرَوْا۟ أَنَّ ٱللَّهَ ٱلَّذِى خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ وَلَمْ يَعْىَ بِخَلْقِهِنَّ بِقَٰدِرٍ عَلَىٰٓ أَن يُحْۦِۦَ ٱلْمَوْتَىٰ ۚ بَلَىٰٓ إِنَّهُۥ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿٣٣﴾

34. Umusi rero abagararije beretswe ibihano vy'umuriro kugira bahanwe, maze bakabazwa n'agashinyaguro n'akantu bati: "Ibi bihano si ivy'ukuri!", bazokwishura n'agahinda n'akantu bati: "Ego cane turarahiye kw'izina ry'Imana yacu Rurema Allah, ko ari ivy'ukuri koko". Maze bace babwirwa bati: "Nimuhonje rero ibihano biturutse ku kuntu mwahora mubihakana kw'isi".

وَيَوْمَ يُعْرَضُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ عَلَى ٱلنَّارِ أَلَيْسَ هَٰذَا بِٱلْحَقِّ ۖ قَالُوا۟ بَلَىٰ وَرَبِّنَا ۚ قَالَ فَذُوقُوا۟ ٱلْعَذَابَ بِمَا كُنتُمْ تَكْفُرُونَ ﴿٣٤﴾

35. Ntumwa y'Imana! Ihanganire rero ibangamira ry'abaguhakana nk'uko Inararibonye mu Ntumwa zihanganye hambere yawe[1]; kandi ntiwihutire gusaba ko abo warungitsweko bohanwa, burya igihe ibihano vyashitse bakabibona ukuri kwamye, ku kubera intureka zavyo, bazoba nk'aho batigeze baba kw'isi, kiretse isaha imwe yo ku murango. Iri rero, ni irarikwa kuri bo no ku bandi bose. Nta bazohonywa n'ibihano vy'Imana Allah, kiretse abantu b'ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo.

فَٱصْبِرْ كَمَا صَبَرَ أُو۟لُوا۟ ٱلْعَزْمِ مِنَ ٱلرُّسُلِ وَلَا تَسْتَعْجِل لَّهُمْ ۚ كَأَنَّهُمْ يَوْمَ يَرَوْنَ مَا يُوعَدُونَ لَمْ يَلْبَثُوٓا۟ إِلَّا سَاعَةً مِّن نَّهَارٍ ۚ بَلَٰغٌ ۚ فَهَلْ يُهْلَكُ إِلَّا ٱلْقَوْمُ ٱلْفَٰسِقُونَ ﴿٣٥﴾

47. Muhammad (Muhamadi)
Aayah 38, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Abagararije bagahakana ko Allah ari Imana Imwe Rudende, bakanaburagiza abantu kwinjira mu bwislamu, Imana Allah Yarazimanganije ibikorwa vyabo, maze bicika impfagusa.

ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَصَدُّوا۟ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ أَضَلَّ أَعْمَٰلَهُمْ ﴿١﴾

2. Nayo abemeye Imana Allah bagashira mu ngiro amabwirizwa yayo, bakemera n'Igitabu ca Qor'ani, camanuriwe Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ari na kwo kuri kutagiramwo amakenga ko kwavuye ku Mana yabo Rurema Allah, Imana Allah

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَءَامَنُوا۟ بِمَا نُزِّلَ عَلَىٰ مُحَمَّدٍ وَهُوَ ٱلْحَقُّ مِن رَّبِّهِمْ كَفَّرَ عَنْهُمْ سَيِّـَٔاتِهِمْ وَأَصْلَحَ بَالَهُمْ ﴿٢﴾

[1] Izo Nararibonye zihambaye, zatewe n'iteka kurusha izindi "Ulu l'Azmi", ni zitanu: Nuhu, Ibrahimu, Musa, Isa na Muhamadi (ba nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Yababababariye ibicumuro vyabo maze Iravyirengagiza ntiyabibahanira, Yongera Irabatunganiriza ivyabo, Ibaha no kuroranirwa mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa.

ذَٰلِكَ بِأَنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ ٱتَّبَعُواْ ٱلۡبَٰطِلَ وَأَنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱتَّبَعُواْ ٱلۡحَقَّ مِن رَّبِّهِمۡۚ كَذَٰلِكَ يَضۡرِبُ ٱللَّهُ لِلنَّاسِ أَمۡثَٰلَهُمۡ ٣

3. Iryo hubishwa n'irongorwa ku co umugwi wose wahisemwo, riterwa n'uko abagararije bakurikiye shetani maze barayumvira; n'uko abemeye bakurikiye Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) maze bagendera n'ukuri kwavuye ku Mana yabo Rurema Allah. Ni nk'ukwo nyene rero Imana Allah Icira abantu agace gashingiye ku co umugwi wose muri bo wahisemwo, gutyo ibisa bikajana.

فَإِذَا لَقِيتُمُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ فَضَرۡبَ ٱلرِّقَابِ حَتَّىٰٓ إِذَآ أَثۡخَنتُمُوهُمۡ فَشُدُّواْ ٱلۡوَثَاقَ فَإِمَّا مَنَّۢا بَعۡدُ وَإِمَّا فِدَآءً حَتَّىٰ تَضَعَ ٱلۡحَرۡبُ أَوۡزَارَهَاۚ ذَٰلِكَ وَلَوۡ يَشَآءُ ٱللَّهُ لَٱنتَصَرَ مِنۡهُمۡ وَلَٰكِن لِّيَبۡلُوَاْ بَعۡضَكُم بِبَعۡضٖۗ وَٱلَّذِينَ قُتِلُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ فَلَن يُضِلَّ أَعۡمَٰلَهُمۡ ٤

4. Bemeramana! Nimwahurira ku rugamba n'abagararije, murahabera intwari koko, muhabere abagabo mururwane mubace amazosi mu kubica; nimwamara kubaca intege, muraheza mubashire mu mvuto mubabohe ntibacaruke. Mu nyuma rero urugamba nirwahagarara, murabarekura ata mbohozo babanje gutanga, canke mubarekure babanje kuzitanga, muheze rero mubandanye ukwo nyene gushika urugamba ruhere. Iyo, ni yo ngingo mushingiwe mu gihe mugeragejwe mugahurira ku rugamba n'abagarariji. Iyo Imana Allah Ishaka, ni ukuri Yari kubatabara mukabanesha ata ndwano irinze kuba, ariko rero Yabategetse kuja ku rugamba kugira Igeragereze ukwemera kwanyu mu guhangana na bo kugira mubahane, maze idini ryayo ryiganze. Abiciwe ku rugamba na bo mu gihe co guharanira idini ry'Imana Allah, Imana Allah ntizogira ibikorwa vyabo impfagusa;

سَيَهۡدِيهِمۡ وَيُصۡلِحُ بَالَهُمۡ ٥

5. Izobashoboza gukora ibiyishimisha mu buzima bwabo bwo kw'isi, Yongere Ibatunganirize ivyabo, Ibahe no kuroranirwa mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa;

وَيُدۡخِلُهُمُ ٱلۡجَنَّةَ عَرَّفَهَا لَهُمۡ ٦

6. Iheze kandi Ibinjize no mu Bwami bw'ijuru Yabamenyesheje uko buteye.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِن تَنصُرُواْ ٱللَّهَ يَنصُرۡكُمۡ وَيُثَبِّتۡ أَقۡدَامَكُمۡ ٧

7. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwaharanira idini ry'Imana Allah ku rugamba, mukagendera n'ingingo z'Igitabu cayo, Izobatabara maze muneshe abansi banyu, Yongere Ibatsimbataze ku rugamba.

وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ فَتَعۡسٗا لَّهُمۡ وَأَضَلَّ أَعۡمَٰلَهُمۡ ٨

8. Nayo abagararije, baragahona, na kare Imana Allah Yarazimanganije ibikorwa vyabo, maze bicika impfagusa;

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمۡ كَرِهُواْ مَآ أَنزَلَ ٱللَّهُ فَأَحۡبَطَ أَعۡمَٰلَهُمۡ ٩

9. Bitewe n'uko banse bagahakana bivuye inyuma Igitabu Imana Allah Yamanuriye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), gutyo Imana Allah,

Ica Ireka kwakira ibikorwa vyabo, kuko mu kubikora bumviye shetani.

10. Mbega none, abahakanyi batigera banyurwa na Aayah n'ivyemezo vy'Imana Allah, ntibaragendagenda kw'isi ngo birabire ukuntu iherezo ry'abahakanyi b'aho hambere yabo ryagenze! Imana Allah Yabaranduranye n'imizi, Isitagura n'inyubakwa zabo. Abagarariji rero, bafise iherezo ribi nk'iry'abo hambere yabo.

۞أَفَلَمْ يَسِيرُواْ فِي ٱلْأَرْضِ فَيَنظُرُواْ كَيْفَ كَانَ عَٰقِبَةُ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْۖ دَمَّرَ ٱللَّهُ عَلَيْهِمْۖ وَلِلْكَٰفِرِينَ أَمْثَٰلُهَا ١٠

11. Iryo hubishwa n'irongorwa ku co umugwi wose wahisemwo, riterwa n'uko Imana Allah ari Yo Muhagarikizi Itunganiriza abemeramana, n'uko abagarariji badafise umuhagarikizi canke umutabazi.

ذَٰلِكَ بِأَنَّ ٱللَّهَ مَوْلَى ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَأَنَّ ٱلْكَٰفِرِينَ لَا مَوْلَىٰ لَهُمْ ١١

12. Mu vy'ukuri Imana Allah, Izokwinjiza abayemeye bakemera n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe, mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi. Nayo abagararije, ukurya no kuryimara mu kuryoherwa kwabo n'ibihendamaso vy'isi, ni nka kurya kw'ibitungwa ata kindi binezwe kw'isi atari ukurisha gusa, umuriro wa Jahannamu rero, ni ryo cumbi ryabo.

إِنَّ ٱللَّهَ يُدْخِلُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ جَنَّٰتٍ تَجْرِي مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُۖ وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ يَتَمَتَّعُونَ وَيَأْكُلُونَ كَمَا تَأْكُلُ ٱلْأَنْعَٰمُ وَٱلنَّارُ مَثْوًى لَّهُمْ ١٢

13. Ntumwa y'Imana! Hari n'abantu rero bo mu ducimbiri twinshi, bari bafise ingabo n'inguvu ata ho ziza zingana n'iz'abantu bo mu gacimbiri kawe ka Makka, batumye uta urwawe ukimuka, hamwe n'inguvu zabo zose rero, Twarabahoneje mu kubaha ibihano bitandukanye, nta n'umutabazi n'umwe baronse abakura mu bihano vy'Imana Allah.

وَكَأَيِّن مِّن قَرْيَةٍ هِيَ أَشَدُّ قُوَّةً مِّن قَرْيَتِكَ ٱلَّتِيٓ أَخْرَجَتْكَ أَهْلَكْنَٰهُمْ فَلَا نَاصِرَ لَهُمْ ١٣

14. Mbega none, uwufise icemezo kigaragara kivuye ku Mana yiwe Rurema Allah, maze akacisunga mu kwemeza ko hariho Imana Imwe Rudende Allah, ni nk'uwaryoherejwe na shetani, ibibi akora akabibona ko ari vyiza, akaba ari no mu batwarwa n'ivyipfuzo vyabo, ata n'icemezo canke ubumenyi buvuye ku Mana Allah bisunga! Ntibashobora kunganya ubutore namba.

أَفَمَن كَانَ عَلَىٰ بَيِّنَةٍ مِّن رَّبِّهِۦ كَمَن زُيِّنَ لَهُۥ سُوٓءُ عَمَلِهِۦ وَٱتَّبَعُوٓاْ أَهْوَآءَهُم ١٤

15. Uko Ubwami bw'ijuru bwasezeraniwe abagamburukiramana buteye, burimwo inzuzi nininini z'amazi atemba atigera agira urubobi; inzuzi z'amata akanovera kayo katigera gahinduka; inzuzi z'inzoga y'akanovera iryohera abanywi, burimwo rero n'inzuzi z'ubuki bw'umutsama, busukuye ntiworaba! Muri nya Bwami kandi, bazohabwa n'ivyamwa vy'ubwoko bwose. Hejuru y'ivyo vyose, hari ukugumirizwa akabanga n'Imana yabo Rurema Allah mu kwirengagiza ivyaha vyabo. None ga yemwe! Uwuri mu Bwami bw'ijuru buteye ukwo, yohurira he n'uwuri mu muriro azobamwo ibihe bidahera,

مَّثَلُ ٱلْجَنَّةِ ٱلَّتِي وُعِدَ ٱلْمُتَّقُونَۖ فِيهَآ أَنْهَٰرٌ مِّن مَّآءٍ غَيْرِ ءَاسِنٍ وَأَنْهَٰرٌ مِّن لَّبَنٍ لَّمْ يَتَغَيَّرْ طَعْمُهُۥ وَأَنْهَٰرٌ مِّنْ خَمْرٍ لَّذَّةٍ لِّلشَّٰرِبِينَ وَأَنْهَٰرٌ مِّنْ عَسَلٍ مُّصَفًّىۖ وَلَهُمْ فِيهَا مِن كُلِّ ٱلثَّمَرَٰتِ وَمَغْفِرَةٌ مِّن رَّبِّهِمْۖ كَمَنْ هُوَ خَٰلِدٌ فِي ٱلنَّارِ وَسُقُواْ مَآءً حَمِيمًا فَقَطَّعَ أَمْعَآءَهُمْ ١٥

aho we n'abo bari kumwe bazohemburwa n'amazi yasebuye akaryimara, maze akabacagagura amara!

16. Muvugishwamana! Burya mu ndyarya, harimwo abakwumviriza ntibazigame ivyo uvuga, bamara kuva mu cicaro cawe, bagaca babaza abahawe ubumenyi bw'Igitabu c'Imana, mu gutebura n'akantu bati: "Mbega mutwumvira Muhamadi, mu kanya yari avuze ngw'iki!". Abo ni bo rero Imana Allah, Yateye ikimangu ku mitima yabo ntiyashobora gutegera ukuri, maze batwarwa n'ivyipfuzo vyabo mu bugarariji n'ubuhuvyi.

وَمِنْهُم مَّن يَسْتَمِعُ إِلَيْكَ حَتَّىٰٓ إِذَا خَرَجُوا۟ مِنْ عِندِكَ قَالُوا۟ لِلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْعِلْمَ مَاذَا قَالَ ءَانِفًا ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ طَبَعَ ٱللَّهُ عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ وَٱتَّبَعُوٓا۟ أَهْوَآءَهُمْ ﴿١٦﴾

17. Nayo abakurikiye uburongozi, Imana Allah Iraheza Ikabongerereza uburongozi ku bwo bari basanganwe, maze ukwemera kwabo kugakomera; Ikanaborohereza mu kubashoboza gushikira igamburukiramana ryiyongera ku ryo bari basanganwe.

وَٱلَّذِينَ ٱهْتَدَوْا۟ زَادَهُمْ هُدًى وَءَاتَىٰهُمْ تَقْوَىٰهُمْ ﴿١٧﴾

18. Burya abagarariji, nta kindi barindiriye kubona, kiretse umuhero w'isi basezeraniwe uzobashikira giturumbuka, ata vyo bari biteze. Ni ukuri, ibimenyetso vyawo vyaramaze kuboneka ariko nta co binona. None bazokwibuka ngo bikebuke gute, uwo muhero w'isi niwamara kubashikira!

فَهَلْ يَنظُرُونَ إِلَّا ٱلسَّاعَةَ أَن تَأْتِيَهُم بَغْتَةً ۖ فَقَدْ جَآءَ أَشْرَاطُهَا ۚ فَأَنَّىٰ لَهُمْ إِذَا جَآءَتْهُمْ ذِكْرَىٰهُمْ ﴿١٨﴾

19. Muvugishwamana! Menya rero ko ata mana y'ukuri ikwiye gusengwa atari Imana Allah, uheze usabe imbabazi ku vyaha vyawe, wongere uzisabire abemeramana n'abemeramanakazi. Burya Imana Allah, Irazi neza ivyo mukora mu kwishira n'ukwizana kwanyu ku murango, no mu gihe mutururuye mw'itiro mudakakaza mw'ijoro.

فَٱعْلَمْ أَنَّهُۥ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا ٱللَّهُ وَٱسْتَغْفِرْ لِذَنۢبِكَ وَلِلْمُؤْمِنِينَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتِ ۗ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ مُتَقَلَّبَكُمْ وَمَثْوَىٰكُمْ ﴿١٩﴾

20. Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bavuga n'igishika n'akantu bati: "Ubwo none, ntihomanurwa igisomwa kidutegeka guharanira idini mu guhangana n'umwansi ku rugamba!". Hamanurwa igisomwa gitomoye mu nsiguro n'ingingo vyaco, hakavugwamwo uguhangana ku rugamba, ukabona abafise imitima yazingamitswe n'indwara y'uburyarya mw'idini, amaso yabakanutse ku gutinya urupfu, bakuraba barerembuza amaso nk'uwuri ku mpfiro. Vyari vyiza kuri bo rero;

وَيَقُولُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَوْلَا نُزِّلَتْ سُورَةٌ ۖ فَإِذَآ أُنزِلَتْ سُورَةٌ مُّحْكَمَةٌ وَذُكِرَ فِيهَا ٱلْقِتَالُ ۙ رَأَيْتَ ٱلَّذِينَ فِى قُلُوبِهِم مَّرَضٌ يَنظُرُونَ إِلَيْكَ نَظَرَ ٱلْمَغْشِىِّ عَلَيْهِ مِنَ ٱلْمَوْتِ ۖ فَأَوْلَىٰ لَهُمْ ﴿٢٠﴾

21. Ko bumvira Imana Allah bakanavuga ijambo ryiza ry'ukuri. Iyo rero ubutigu bugeze, Imana Allah Igategeka guhangana ku rugamba, indyarya ntizishimishwa na gato n'iyo ngingo. Iyo zirangwa n'ukuri mu kwemera no mu bikorwa, vyari kuba vyiza kuri zo gusumba ukugabitanya.

طَاعَةٌ وَقَوْلٌ مَّعْرُوفٌ ۚ فَإِذَا عَزَمَ ٱلْأَمْرُ فَلَوْ صَدَقُوا۟ ٱللَّهَ لَكَانَ خَيْرًا لَّهُمْ ﴿٢١﴾

22. Mu gihe rero mwogenza umugongo mukirengagiza Qor'ani n'inyigisho z'intumwa, mwoca mugenzwa n'ubwononyi bwo kugarariza no gusesa amaraso kw'isi,

فَهَلْ عَسَيْتُمْ إِن تَوَلَّيْتُمْ أَن تُفْسِدُوا۟ فِى ٱلْأَرْضِ وَتُقَطِّعُوٓا۟ أَرْحَامَكُمْ ﴿٢٢﴾

hamwe rero no guca ubuvandimwe bw'abo musangiye amaraso;

23. Abo, ni bo rero Imana Allah Yavumye, maze Ibaziba amatwi Ibahuma n'amaso, ntibaba bacumva canke babona Aayah n'ivyemezo vyayo;

أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ لَعَنَهُمُ ٱللَّهُ فَأَصَمَّهُمْ وَأَعْمَىٰٓ أَبْصَٰرَهُمْ ﴿٢٣﴾

24. Mbega none indyarya, ntizoza zitegera Qor'ani ngo zinyurwe n'ivyemezo vyayo! Canke imitima yazo irugaye, bigatuma zitanyurwa!

أَفَلَا يَتَدَبَّرُونَ ٱلْقُرْءَانَ أَمْ عَلَىٰ قُلُوبٍ أَقْفَالُهَآ ﴿٢٤﴾

25. Mu vy'ukuri abahemutse mu kwemera bakava mw'idini, bakisubirako inyuma y'aho bamenyeye uburongozi bw'ukuri, shetani yarabaryohereje ivyaha bakora, maze ibaha umwizero w'ikinyoma;

إِنَّ ٱلَّذِينَ ٱرْتَدُّواْ عَلَىٰٓ أَدْبَٰرِهِم مِّنۢ بَعْدِ مَا تَبَيَّنَ لَهُمُ ٱلْهُدَى ٱلشَّيْطَٰنُ سَوَّلَ لَهُمْ وَأَمْلَىٰ لَهُمْ ﴿٢٥﴾

26. Baraheza rero ku kwizera ikinyoma, bararendegera mu bugarariji bitewe n'uko babwiye abayahudi banse kwemera ivyamanuwe n'Imana Allah bati: "Tuzobumvira muri bimwebimwe bica kubiri n'ingingo z'Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo"; burya rero Imana Allah, Irazi neza ivyo bahishije mu mushaha[1].

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ قَالُواْ لِلَّذِينَ كَرِهُواْ مَا نَزَّلَ ٱللَّهُ سَنُطِيعُكُمْ فِى بَعْضِ ٱلْأَمْرِ ۖ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ إِسْرَارَهُمْ ﴿٢٦﴾

27. Mbega bazoba bamerewe gute igihe urwabo rwageze, maze abamalayika bakabica babakubita mu maso no ku kibuno!

فَكَيْفَ إِذَا تَوَفَّتْهُمُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ يَضْرِبُونَ وُجُوهَهُمْ وَأَدْبَٰرَهُمْ ﴿٢٧﴾

28. Ico, ni co gihano bakwiye gitewe n'uko bumviye shetani, bagakurikira ibishavuza Imana Allah, bakanka no gukora ivyotuma Ibishimira, hatibagiwe kwanka guhangana n'abagarariji ku rugamba. Ivyo vyose rero, vyatumye Imana Allah Ireka kwakira ibikorwa vyabo vyiza, maze bicika impfagusa.

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمُ ٱتَّبَعُواْ مَآ أَسْخَطَ ٱللَّهَ وَكَرِهُواْ رِضْوَٰنَهُۥ فَأَحْبَطَ أَعْمَٰلَهُمْ ﴿٢٨﴾

29. Ahubwo none, indyarya zoba zibwira ko Imana Allah Itazoshira ahabona Ikagaragaza inzigo n'ishari bafitiye ubwislamu n'abislamu! Nta kibuza rero ko Imana Allah Izobishira ahabona mu kwerekana imvugakuri n'umunyakinyoma.

أَمْ حَسِبَ ٱلَّذِينَ فِى قُلُوبِهِم مَّرَضٌ أَن لَّن يُخْرِجَ ٱللَّهُ أَضْغَٰنَهُمْ ﴿٢٩﴾

30. Muvugishwamana! Iyo Twebwe Allah Dushaka, ni ukuri Twari kukwereka indyarya, maze ukazimenyera ku bimenyetso vyazo biziranga, ni ukuri uzozimenyera ku mvugo iziranga. Burya Imana Allah, Irazi neza ibikorwa vyanyu, abayumvira n'abagabitanya, umwumwe wese Izomuhemba indishi ikwiranye n'ivyo yakoze.

وَلَوْ نَشَآءُ لَأَرَيْنَٰكَهُمْ فَلَعَرَفْتَهُم بِسِيمَٰهُمْ ۚ وَلَتَعْرِفَنَّهُمْ فِى لَحْنِ ٱلْقَوْلِ ۚ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ أَعْمَٰلَكُمْ ﴿٣٠﴾

31. Bemeramana! Ni ukuri Twebwe Allah, Tuzobagerageza mu guhangana n'abagarariji ku rugamba gushika hamenyekanye - ku vyo Dusanzwe Tuzi -

وَلَنَبْلُوَنَّكُمْ حَتَّىٰ نَعْلَمَ ٱلْمُجَٰهِدِينَ مِنكُمْ وَٱلصَّٰبِرِينَ وَنَبْلُوَاْ أَخْبَارَكُمْ ﴿٣١﴾

[1] Iyi Aayah irihaniza umwemeramana ko atohirahira ngo yumvire abantu mu biciye kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah hamwe n'ingingo z'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

abaharanira idini ry'Imana Allah vy'ukuri, hamwe n'abihangana ku rugamba, Twongere Tubageragеze ku vyo muvuga no ku vyo mukora, gutyo muri mwebwe haboneke imvugakuri n'umunyakinyoma.

32. Mu vy'ukuri abahakanye ko Allah ari Yo Mana y'ukuri Ikwiye gusengwa Itabangikanywa, bakanaburagiza abantu kwinjira mw'idini ryayo, bagaca kubiri bakanarwanya n'Intumwa yayo, inyuma y'aho bamenyeye Aayah n'ivyemezo vyerekana ko uri Umuvugishwamana vy'ukuri, nta co bazokwicira idini ryayo, kandi Imana Allah Izoreka kwakira ibikorwa vyabo vyiza kuko batabikoze ku bwayo.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَصَدُّواْ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ وَشَآقُّواْ ٱلرَّسُولَ مِنۢ بَعۡدِ مَا تَبَيَّنَ لَهُمُ ٱلۡهُدَىٰ لَن يَضُرُّواْ ٱللَّهَ شَيۡـٔٗا وَسَيُحۡبِطُ أَعۡمَٰلَهُمۡ ٣٢

33. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimushishikare mwumvira Imana Allah, mwumvira n'Intumwa yayo, kandi ntimugatume ibikorwa vyanyu bicika impfagusa ku guca kubiri n'amabwirizwa yayo.

۞يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَأَطِيعُواْ ٱلرَّسُولَ وَلَا تُبۡطِلُوٓاْ أَعۡمَٰلَكُمۡ ٣٣

34. Mu vy'ukuri, abahakanye bivuye inyuma ko Allah ari Yo Mana y'ukuri Ikwiye gusengwa Itabangikanywa, bakanaburagiza abantu kwinjira mw'idini ryayo, hanyuma bagapfa bakirangwa n'iyo ngeso y'ubugarariji, Imana Allah ntizobagumiriza akabanga ku vyaha vyabo, ahubwo Izobahana Inabatetereze mw'ishengero ry'ibiremwa.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَصَدُّواْ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ ثُمَّ مَاتُواْ وَهُمۡ كُفَّارٞ فَلَن يَغۡفِرَ ٱللَّهُ لَهُمۡ ٣٤

35. Bemeramana! Ntimugacike inkokora ngo mutinye guhangana n'ababangikanyamana ku rugamba, mubararikira kwishikana kandi ari mwebwe benintsinzi mushoboye no kubanesha; burya Imana Allah, Iri kumwe na mwe mu kubatera intege, kandi ntizogabanya indishi ku vyo mwakoze.

فَلَا تَهِنُواْ وَتَدۡعُوٓاْ إِلَى ٱلسَّلۡمِ وَأَنتُمُ ٱلۡأَعۡلَوۡنَ وَٱللَّهُ مَعَكُمۡ وَلَن يَتِرَكُمۡ أَعۡمَٰلَكُمۡ ٣٥

36. Ni ukuri, ubuzima bwo kw'isi kenshi na kenshi, ni ubufyinyi n'ubusamazi biterwa n'ibihendamaso. Nimwemera Imana Allah n'Intumwa yayo, mukanagamburukira Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, Izobahembera ivyo mwakoze, eka mbere ntinabasaba gutanga amatungo yanyu yose mu gihe co gutanga ishikanwa-bwirizwa, ahubwo Ibasaba kuyatangako umuce muri yo;

إِنَّمَا ٱلۡحَيَوٰةُ ٱلدُّنۡيَا لَعِبٞ وَلَهۡوٞۚ وَإِن تُؤۡمِنُواْ وَتَتَّقُواْ يُؤۡتِكُمۡ أُجُورَكُمۡ وَلَا يَسۡـَٔلۡكُمۡ أَمۡوَٰلَكُمۡ ٣٦

37. Mu gihe Yobasaba Ikabaremereza mu gutanga amatungo yanyu yose, mwocika ingumyi mukanka gutanga, gutyo mugaheza mugaserura akari ku mutima mu gutangana inzigo.

إِن يَسۡـَٔلۡكُمُوهَا فَيُحۡفِكُمۡ تَبۡخَلُواْ وَيُخۡرِجۡ أَضۡغَٰنَكُمۡ ٣٧

38. Bemeramana! Ehe mwebwe ico murarikiwe, ni ugutanga mu kwitegurira urugamba rwo guharanira idini ry'Imana Allah. Muri mwebwe, haribonekezamwo ingumyi

هَٰٓأَنتُمۡ هَٰٓؤُلَآءِ تُدۡعَوۡنَ لِتُنفِقُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِۖ فَمِنكُم مَّن يَبۡخَلُۖ وَمَن يَبۡخَلۡ فَإِنَّمَا

idatanga mu guharanira idini ryayo. Burya uwubaye ingumyi, ni ukuri ni we nyene aba yiyimye. Burya Imana Allah, ni Yo Uwikenuye muri vyose ata co Ibakeneyeko, mu gihe ari mwebwe mukenye mukeneye ko Ibakenura. Nimwagenza umugongo rero mukareka kuyemera no kwubahiriza amabwirizwa yayo, Izobahonya maze Ibasubirize abandi bantu, hanyuma ntibazoba nkamwe mu bugaba.

يَبۡخَلُ عَن نَّفۡسِهِۦۚ وَٱللَّهُ ٱلۡغَنِيُّ وَأَنتُمُ ٱلۡفُقَرَآءُۚ وَإِن تَتَوَلَّوۡاْ يَسۡتَبۡدِلۡ قَوۡمًا غَيۡرَكُمۡ ثُمَّ لَا يَكُونُوٓاْ أَمۡثَٰلَكُم ٣٨

48. Al-Fat-hi (Intsinzi y'ihabuzwa ry'igisagara ca Makka), Aayah 29, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twaraguhaye intsinzi igaragara yo kunesha ababangikanyamana, igihe mutera igikumu ku masezerano yitiriwe "Al-Hudaybiyya[1]";

إِنَّا فَتَحۡنَا لَكَ فَتۡحٗا مُّبِينٗا ١

2. Kugira Imana Allah Ikubabarire ivyaha vyawe wakoze n'ivyo utarakora, ku kubera ko idini rizosasagara inyuma y'ayo masezerano, no kugira rero Imana Allah Igukwirize inema yayo y'iganza ry'idini ryayo, Iheze Igutsimbataze mu burongozi bw'inzira igorororotse;

لِّيَغۡفِرَ لَكَ ٱللَّهُ مَا تَقَدَّمَ مِن ذَنۢبِكَ وَمَا تَأَخَّرَ وَيُتِمَّ نِعۡمَتَهُۥ عَلَيۡكَ وَيَهۡدِيَكَ صِرَٰطٗا مُّسۡتَقِيمٗا ٢

3. No kugira kandi Imana Allah Igushikane ku ntsinzi ihambaye.

وَيَنصُرَكَ ٱللَّهُ نَصۡرًا عَزِيزًا ٣

4. Imana Allah, ni Yo Yamanuye ituze mu mitima y'abemeramana umusi w'amasezerano ya Al-Hudaybiyya, maze baraturura, baratekana baratekanirwa, kugira bongererezwe ukwemera no gukurikira Intumwa ku kwemera no gukurikira Intumwa bari basanganwe. Burya Imana Allah, ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ingabo ziri mu majuru n'isi Iheza Igatabaza abemeramana. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora;

هُوَ ٱلَّذِيٓ أَنزَلَ ٱلسَّكِينَةَ فِي قُلُوبِ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ لِيَزۡدَادُوٓاْ إِيمَٰنٗا مَّعَ إِيمَٰنِهِمۡۗ وَلِلَّهِ جُنُودُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلِيمًا حَكِيمٗا ٤

5. Kugira Yinjize abemeramana n'abemeramanakazi mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera, Yongere Ibababarire ibicumuro vyabo maze Ivyirengagize ntibibahanire. Iyo ndishi rero bategekanirijwe ku Mana Allah, ni kwo gukira agahinda no gushika ku co bipfuza;

لِّيُدۡخِلَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ وَٱلۡمُؤۡمِنَٰتِ جَنَّٰتٖ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا وَيُكَفِّرَ عَنۡهُمۡ سَيِّـَٔاتِهِمۡۚ وَكَانَ ذَٰلِكَ عِندَ ٱللَّهِ فَوۡزًا عَظِيمٗا ٥

[1] Al-Hudaybiyya, ni izina ry'ahantu hatereweko igikumu ku masezerano yo kudashamirana no guhana agahengwe k'imyaka cumi hagati y'abislamu n'ababangikanyamana b'i Makka. Ayo masezerano rero, ni yo yahavuye aba imvo yo gusasagaza ubwislamu mu mihingo y'isi, maze abantu barinjira mu bwislamu bari mu migwimigwi, ikaba ari yo mpamvu yatumye Imana Allah Yita nya masezerano, intsinzi igaragara.

وَيُعَذِّبَ ٱلْمُنَٰفِقِينَ وَٱلْمُنَٰفِقَٰتِ وَٱلْمُشْرِكِينَ وَٱلْمُشْرِكَٰتِ ٱلظَّآنِّينَ بِٱللَّهِ ظَنَّ ٱلسَّوْءِ ۚ عَلَيْهِمْ دَآئِرَةُ ٱلسَّوْءِ ۖ وَغَضِبَ ٱللَّهُ عَلَيْهِمْ وَلَعَنَهُمْ وَأَعَدَّ لَهُمْ جَهَنَّمَ ۖ وَسَآءَتْ مَصِيرًا ۝٦

6. No kugira rero Ihane indyarya n'indyaryakazi, ababangikanyamana n'ababangikanyamanakazi biyumvira nabi Imana Allah, ko Idashoboye gutabara Intumwa yayo hamwe n'abemeramana bari kumwe na yo, bakanesha abansi babo, maze idini ryayo rigasasagara. Barakabona rero ibibi n'amagorwa vy'ubwoko bwose bibashavuza, baragashavurirwa n'Imana Allah, barakavumwa n'Imana Allah. Baranategekanirijwe n'umuriro wa Jahannamu, ni na yo maherezo mabi cane.

وَلِلَّهِ جُنُودُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَزِيزًا حَكِيمًا ۝٧

7. Imana Allah ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ingabo ziri mu majuru n'isi, Iheza Ikaziteza ingoga abemeramana. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

إِنَّآ أَرْسَلْنَٰكَ شَٰهِدًا وَمُبَشِّرًا وَنَذِيرًا ۝٨

8. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twakurungitse kugira ube icabona ku bo warungitsweko ko wabashikirije ubutumwa; ushikirize n'inkuru nziza ihumuriza uwukwumviye ko azohabwa Ubwami bw'ijuru; ugabishe n'uwugabitanye ko bitebe bitebuke, arindiriwe n'ibihano.

لِّتُؤْمِنُوا۟ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَتُعَزِّرُوهُ وَتُوَقِّرُوهُ ۚ وَتُسَبِّحُوهُ بُكْرَةً وَأَصِيلًا ۝٩

9. Bantu! Ivyo vyose rero, Twabigize kugira mwemere Imana Allah n'Intumwa yayo, muharanire n'intsinzi y'idini ry'Imana Allah, muheze mwubahe Imana Allah, mwongere muyininahaze muyitazire igitondo n'umugoroba.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يُبَايِعُونَكَ إِنَّمَا يُبَايِعُونَ ٱللَّهَ يَدُ ٱللَّهِ فَوْقَ أَيْدِيهِمْ ۚ فَمَن نَّكَثَ فَإِنَّمَا يَنكُثُ عَلَىٰ نَفْسِهِۦ ۖ وَمَنْ أَوْفَىٰ بِمَا عَٰهَدَ عَلَيْهُ ٱللَّهَ فَسَيُؤْتِيهِ أَجْرًا عَظِيمًا ۝١٠

10. Muvugishwamana! Mu vy'ukuri, abiyemeje kukwigura mu kurwana igihe mwari Al-Hudaybiyya, ni ukuri biyemeje kwihebera Imana Allah barondera gushimwa na Yo no guhabwa Ubwami bw'ijuru, ukuboko kw'Imana Allah kuri hejuru y'amaboko yabo, kuko Irumva ivyo bavuga, Irabona n'aho bari, Irazi n'ivyo bagaragaza hamwe n'ivyo bahisha mu mishaha. Uwisubiyeko agahemuka ku vyo yiyemeje rero, ni ukuri inkurikizi z'ukwo kwisubirako zizomugarukako we nyene; nayo uwushitsa ivyo yasezeraniye Imana Allah mu kwihangana ku rugamba rwo guharanira idini ryayo no gutabara Intumwa yayo, namenye ko Imana Allah Izomuha impembo ihambaye y'Ubwami bw'ijuru[1].

سَيَقُولُ لَكَ ٱلْمُخَلَّفُونَ مِنَ ٱلْأَعْرَابِ شَغَلَتْنَآ أَمْوَٰلُنَا وَأَهْلُونَا فَٱسْتَغْفِرْ لَنَا ۚ يَقُولُونَ بِأَلْسِنَتِهِم مَّا لَيْسَ فِى قُلُوبِهِمْ ۚ قُلْ فَمَن يَمْلِكُ لَكُم مِّنَ ٱللَّهِ شَيْـًٔا إِنْ أَرَادَ

11. Muvugishwamana! Ababa mu micungararo y'i Madina bisibije bagasigara inyuma ntimwajana i Makka umusi wa Al-Hudaybiyya, niwabanebagura ku kwisigaza inyuma kwabo, bazokwiregura bavuga n'akarimi gasosa bati: "Twafatiriwe n'amatungo hamwe n'imiryango vyacu, turakwinginze rero udusabire ikigongwe ku Mana Allah"; maze akarimi kabo kakavuga ibihushanye n'ibiri ku

[1] Muri iyi Aayah, harimwo icemezo c'uko Imana Allah Ifise ukuboko mu buryo buberanye n'icubahiro cayo. Ukuboko kw'Imana Allah, ntikugereranywa eka nta ho gusa gusana n'ukuboko kw'ibiremwa.

بِكُمْ ضَرًّا أَوْ أَرَادَ بِكُمْ نَفْعًا ۚ بَلْ كَانَ ٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ خَبِيرًا ﴿١١﴾

mutima; babwire uti: “Ni nde yogira ico abamariye ku Mana Allah ngo abakingire mu gihe Yo, Yoshaka ko mushikirwa n’akaga, canke ngo abageramire mu gihe Yo, Yoshaka ko muroranirwa! Uko mwibaza si ko biri! Murihenda mu kwibwira ko Imana Allah Itazi uburyarya muhishije mu mishaha yanyu; ahubwo Imana Allah, Yamye Izi neza ivyo mukora vyose, ni Muhetuziwavyose”.

بَلْ ظَنَنتُمْ أَن لَّن يَنقَلِبَ ٱلرَّسُولُ وَٱلْمُؤْمِنُونَ إِلَىٰٓ أَهْلِيهِمْ أَبَدًا وَزُيِّنَ ذَٰلِكَ فِى قُلُوبِكُمْ وَظَنَنتُمْ ظَنَّ ٱلسَّوْءِ وَكُنتُمْ قَوْمًۢا بُورًا ﴿١٢﴾

12. Uko mwireguye ku Ntumwa y’Imana muvuga ko mwafatiriwe n’amatungo hamwe n’imiryango yanyu, si ko biri; ahubwo mwibwiye ko Intumwa y’Imana hamwe n’abemeramana bari kumwe na yo bazohwerera ku rugamba, maze shetani ibaryohereza iciyumviro c’uko batazokwigera bagaruka amahoro mu miryango yabo, muraheza mwiyumvira nabi Imana Allah ko Itazoshobora gutabara Intumwa yayo hamwe n’ingendanyi ngo baneshe abansi babo, mwari n’abantu bakwiye guhona kuko ata ciza kibavamwo.

وَمَن لَّمْ يُؤْمِنۢ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ فَإِنَّآ أَعْتَدْنَا لِلْكَٰفِرِينَ سَعِيرًا ﴿١٣﴾

13. Uwutemera Imana Allah n’amabwirizwa Yarungikanye Intumwa yayo (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), namenye ko azoba agararije. Mu vy’ukuri Twebwe Allah, Twateguriye abagarariji ibihano vy’umuriro wama wegenyejwe.

وَلِلَّهِ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ يَغْفِرُ لِمَن يَشَآءُ وَيُعَذِّبُ مَن يَشَآءُ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿١٤﴾

14. Imana Allah, ni Nyenubwami Igaba Ikaganza ibiri mu majuru no mw’isi n’ibiri hagati yavyo; Igumiriza akabanga uwo Ishatse ku mpuhwe zayo, Ikirengagiza ivyaha vyiwe ntibimuhanire, Igahana n’uwo Ishatse ku butungane bwayo ata karenganyo. Burya Imana Allah rero, Yamye ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

سَيَقُولُ ٱلْمُخَلَّفُونَ إِذَا ٱنطَلَقْتُمْ إِلَىٰ مَغَانِمَ لِتَأْخُذُوهَا ذَرُونَا نَتَّبِعْكُمْ ۖ يُرِيدُونَ أَن يُبَدِّلُوا۟ كَلَٰمَ ٱللَّهِ ۚ قُل لَّن تَتَّبِعُونَا كَذَٰلِكُمْ قَالَ ٱللَّهُ مِن قَبْلُ ۖ فَسَيَقُولُونَ بَلْ تَحْسُدُونَنَا ۚ بَلْ كَانُوا۟ لَا يَفْقَهُونَ إِلَّا قَلِيلًا ﴿١٥﴾

15. Muvugishwamana! Abisibije bagasigara inyuma ntimwajana i Makka ku musi wa Al-Hudaybiyya, igihe wewe n’ingendanyi mwagiye kuronka iminyago ya Khayibari mwasezeraniwe n’Imana Allah, bazovuga bati: “Enda rero nyabuna nimutureke tujane na mwe ku rugamba rwa Khayibari”, bagomba guhindura isezerano mwahawe n’Imana Allah. Bakurire inkoni ku gishitsi uti: “Kizire, ntimurote mudukurikira ku rugamba rwa Khayibari, ni ryo sezerano twahawe n’Imana Allah imbere yuko tugaruka i Madina, ko iminyago ya Khayibari yagenewe gusa abari kumwe nanje ku musi wa Al-Hudaybiyya”. Bazoheza basubizeyo bati: “Imana Allah nta co Yigeze Ibasezeranira, ahubwo mutwankiye ko tujana ku kubera ishari mudufitiye ko twohava turonka ku minyago”. Ahubwo rero mbere, ntibari banatahura ivyo basabwa n’ivyo barekuriwe gukora mw’idini, kiretse bike cane.

16. Ntumwa y'Imana! Bwira ababa mu micungararo y'i Madina bisibije bagasigara inyuma ntimwajana i Makka umusi wa Al-Hudaybiyya, uti: "Muzorarikirwa kuja kurwana n'inshirwarimenetse, maze murwane na bo canke bishikane; nimwumvira Imana Allah mukaja kurwana na bo, Imana Allah Izobaha impembo nziza y'Ubwami bw'ijuru. Nimwagabitanya mukagenza umugongo naho, nk'uko imbere y'aho mwagenjeje umugongo mu kwisivya mugasigara inyuma, ntimwajana n'Intumwa i Makka umusi wa Al-Hudaybiyya, Imana Allah Izobaha ibihano bibabaza".

قُل لِّلْمُخَلَّفِينَ مِنَ ٱلْأَعْرَابِ سَتُدْعَوْنَ إِلَىٰ قَوْمٍ أُو۟لِى بَأْسٍ شَدِيدٍ تُقَٰتِلُونَهُمْ أَوْ يُسْلِمُونَ ۖ فَإِن تُطِيعُوا۟ يُؤْتِكُمُ ٱللَّهُ أَجْرًا حَسَنًا ۖ وَإِن تَتَوَلَّوْا۟ كَمَا تَوَلَّيْتُم مِّن قَبْلُ يُعَذِّبْكُمْ عَذَابًا أَلِيمًا ﴿١٦﴾

17. Bantu! Nta caha kiri ku mpumyi, ku kimuga, ku wukitswe n'amagara, mu gihe bosiba ku rugamba kuko bafise imvo zumvikana. Uwumviye Imana Allah n'Intumwa yayo, Imana Allah Izomwinjiza mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi. Nayo uwugabitanye mu kutaja ku rugamba, Imana Allah Izomuha ibihano bibabaza.

لَّيْسَ عَلَى ٱلْأَعْمَىٰ حَرَجٌ وَلَا عَلَى ٱلْأَعْرَجِ حَرَجٌ وَلَا عَلَى ٱلْمَرِيضِ حَرَجٌ ۗ وَمَن يُطِعِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ يُدْخِلْهُ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ ۖ وَمَن يَتَوَلَّ يُعَذِّبْهُ عَذَابًا أَلِيمًا ﴿١٧﴾

18. Muvugishwamana! Ni ukuri Imana Allah, Yarishimiye abemeramana igihe biyemeza kukwigura ku rugamba igihe bari musi y'igiti ku musi wa Al-Hudaybiyya, maze hamenyekana - ku vyo Yari Isanzwe Izi - vy'ukuri ukwemera no gushitsa isezerano biri mu mishaha yabo, Iraheza Ibamanurira ituze baratekana baratekanirwa, Ica Ibahembera urugamba rutahavuye ruba ku kubera amasezerano ya Al-Hudaybiyya, intsinzi yimirije;

۞ لَّقَدْ رَضِىَ ٱللَّهُ عَنِ ٱلْمُؤْمِنِينَ إِذْ يُبَايِعُونَكَ تَحْتَ ٱلشَّجَرَةِ فَعَلِمَ مَا فِى قُلُوبِهِمْ فَأَنزَلَ ٱلسَّكِينَةَ عَلَيْهِمْ وَأَثَٰبَهُمْ فَتْحًا قَرِيبًا ﴿١٨﴾

19. Hejuru y'ivyo, hari n'iminyago myinshi bazoronka ku rugamba rwa Khayibari. Burya Imana Allah rero, Yamye ari Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora;

وَمَغَانِمَ كَثِيرَةً يَأْخُذُونَهَا ۗ وَكَانَ ٱللَّهُ عَزِيزًا حَكِيمًا ﴿١٩﴾

20. Bemeramana! Yabasezeraniye iminyago myinshi muzoronka mu nyuma nihagera, maze Ibanza kubaha iyo minyago ya Khayibari, Ibakurako n'igeramirwa ry'abansi banyu bashaka kubakwegera mu ndwano, no kubaca mu ryahumye mu kugirira nabi abo mwasize i Madina; ivyo vyose bikaba vyabaye ukwo, kugira bibe inkebuzo n'icemezo ku bemeramana ko Imana Allah Ishoboye kubatabara no kubabungabunga; no kugira rero Ibarongore mu nzira igororotse.

وَعَدَكُمُ ٱللَّهُ مَغَانِمَ كَثِيرَةً تَأْخُذُونَهَا فَعَجَّلَ لَكُمْ هَٰذِهِۦ وَكَفَّ أَيْدِىَ ٱلنَّاسِ عَنكُمْ وَلِتَكُونَ ءَايَةً لِّلْمُؤْمِنِينَ وَيَهْدِيَكُمْ صِرَٰطًا مُّسْتَقِيمًا ﴿٢٠﴾

21. Hari n'iyindi minyago rero mwasezeraniwe mutarashobora kuronka, ariko Imana Allah Irashoboye kuzoyibaronsa nihagera. Burya Imana Allah rero, Yamye ari Mushoboravyose;

وَأُخْرَىٰ لَمْ تَقْدِرُوا۟ عَلَيْهَا قَدْ أَحَاطَ ٱللَّهُ بِهَا ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرًا ﴿٢١﴾

22. Iyo rero abagarariji b'i Makka bihenda ngo barwane na mwe, ni ukuri bari kuneshwa bagatungwa n'ayo bameze, hanyuma nta n'umuhagarikizi abatunganiriza ivyabo, eka mbere nta n'umutabazi yari kubafasha kururwana, bari kuronka.

وَلَوْ قَٰتَلَكُمُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لَوَلَّوُا۟ ٱلْأَدْبَٰرَ ثُمَّ لَا يَجِدُونَ وَلِيًّا وَلَا نَصِيرًا ﴿٢٢﴾

23. Ni uko vyamye rero ku biremwa, ko Imana Allah Itabara ingabo zayo mu kunesha abansi bayo. Ntumwa y'Imana! Genda ugendereze, nta hantu na hamwe uzosanga Twarigeze kudohoka ku ngingo yo gutabara ingabo zacu mu kunesha abansi bacu.

سُنَّةَ ٱللَّهِ ٱلَّتِى قَدْ خَلَتْ مِن قَبْلُ ۖ وَلَن تَجِدَ لِسُنَّةِ ٱللَّهِ تَبْدِيلًا ﴿٢٣﴾

24. Imana Allah, ni Yo Yababanguranije n'ababangikanyamana bashatse kubatera igihe mwari ahitwa Al-Hudaybiyya mu kabande k'i Makka, hari mu nyuma y'aho Imana Allah Ibashoboreje kubafata hanyuma bararekurwa[1]. Burya Imana Allah rero, Yamye Ibona neza ivyo mukora, ni Nyenukubona.

وَهُوَ ٱلَّذِى كَفَّ أَيْدِيَهُمْ عَنكُمْ وَأَيْدِيَكُمْ عَنْهُم بِبَطْنِ مَكَّةَ مِنۢ بَعْدِ أَنْ أَظْفَرَكُمْ عَلَيْهِمْ ۚ وَكَانَ ٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ بَصِيرًا ﴿٢٤﴾

25. Abagarariji b'Abakorayishi, ni bo bahakanye bivuye inyuma isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah, baranababuza ku musi wa Al-Hudaybiyya ko mwinjira mu musigiti w'i Makka, babuza n'imbagwa mwari mwibangikanije ko zishika aho zitegerezwa kubagirwa mu karere gatagatifu. Iyo i Makka hataba hariyo abagabo b'abemeramana b'intege nke hamwe n'abemeramanakazi mutazi, bahisha ukwemera kwabo, bari guhava bahitanwa n'intambara y'ingabo zanyu, maze mwebwe bikabatera urubwa, hakononekara n'ibintu vyinshi, mukanaharonkera n'ivyaha vyo kwica abemeramana ku kutamenya, Twari kubatera inkunga mugahangana na bo. Vyabaye ukwo rero, kugira Imana Allah Yinjize mu mpuhwe zayo, uwo Ishatse akazoba umwislamu mu nyuma y'aho yari umugarariji. Iyo rero abemeramana bamenya gutandukanya uwemera n'umubangikanyamana, ni ukuri, Twari guha abagararije bagahakana bivuye inyuma Intumwa y'Imana, igihano kibabaza bakicwa;

هُمُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَصَدُّوكُمْ عَنِ ٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِ وَٱلْهَدْىَ مَعْكُوفًا أَن يَبْلُغَ مَحِلَّهُۥ ۚ وَلَوْلَا رِجَالٌ مُّؤْمِنُونَ وَنِسَآءٌ مُّؤْمِنَٰتٌ لَّمْ تَعْلَمُوهُمْ أَن تَطَـُٔوهُمْ فَتُصِيبَكُم مِّنْهُم مَّعَرَّةٌۢ بِغَيْرِ عِلْمٍ ۖ لِّيُدْخِلَ ٱللَّهُ فِى رَحْمَتِهِۦ مَن يَشَآءُ ۚ لَوْ تَزَيَّلُوا۟ لَعَذَّبْنَا ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ مِنْهُمْ عَذَابًا أَلِيمًا ﴿٢٥﴾

26. Igihe abagararije bagira ubwibone nk'ubwibone bamanye n'imbere yuko barungikirwa Intumwa, maze banka kwemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) kubera nya bwibone[2], maze Imana Allah Iraheza Imanurira ituze Intumwa yayo hamwe n'abemeramana bari kumwe na yo, Iraheza Ibatsimbataza

إِذْ جَعَلَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ فِى قُلُوبِهِمُ ٱلْحَمِيَّةَ حَمِيَّةَ ٱلْجَٰهِلِيَّةِ فَأَنزَلَ ٱللَّهُ سَكِينَتَهُۥ عَلَىٰ رَسُولِهِۦ وَعَلَى ٱلْمُؤْمِنِينَ وَأَلْزَمَهُمْ كَلِمَةَ

[1] Ni ababangikanyamana bababa mirongo umunani bafashwe mw'ikizura ryakozwe n'abislamu, hanyuma ntibabica, barabarekura.

[2] Ku kubera ubwibone bwabo, baranse ko mu ntango ya nya masezerano handikwa izina ry'Imana Allah ngo: "Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo", banka n'uko mu gusozera handikwamwo ngo: "Ibi ni vyo Intumwa y'Imana Muhamadi yumvikanye n'Abakorayishi".

kw'ijambo ry'igamburukiramana[1], bari n'abantu bakwiye koko gutsimbatazwa kuri ryo, kuruta ababangikanyamana. Burya Imana Allah, Yamye Izi neza ibigirwa n'ibiremwa, ni Nyenubumenyikurivyose.

ٱلتَّقۡوَىٰ وَكَانُوٓاْ أَحَقَّ بِهَا وَأَهۡلَهَاۚ وَكَانَ ٱللَّهُ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٗا ٢٦

27. Ni ukuri Imana Allah, Yarashize mu ngiro vy'ukuri indoto y'ukuri Yeretse Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aho yamubwiye Iti: "Ntumwa y'Imana! Mu mwaka ukurikira, mu vy'ukuri wewe hamwe n'ingendanyi zawe, muzokwinjira mu musigiti w'i Makka ku bushake bw'Imana Allah mw'iteka n'itekane, mwamoye umushatsi canke mwawugabanije, ata na kimwe mutinya kiretse gusa Imana Allah". Imana Allah, Yari Izi ivyiza mutigeze mumenya, biri mu kutabashoboza kuhinjira muri uwo mwaka w'amasezerano ya Al-Hudaybiyya, Iraheza rero ha kwinjira i Makka, Ibaha isezerano ry'uko intsinzi yo guhabuza Khayibari iri hafi inyuma y'agahengwe k'ayo masezerano.

لَّقَدۡ صَدَقَ ٱللَّهُ رَسُولَهُ ٱلرُّءۡيَا بِٱلۡحَقِّۖ لَتَدۡخُلُنَّ ٱلۡمَسۡجِدَ ٱلۡحَرَامَ إِن شَآءَ ٱللَّهُ ءَامِنِينَ مُحَلِّقِينَ رُءُوسَكُمۡ وَمُقَصِّرِينَ لَا تَخَافُونَۖ فَعَلِمَ مَا لَمۡ تَعۡلَمُواْ فَجَعَلَ مِن دُونِ ذَٰلِكَ فَتۡحٗا قَرِيبٗا ٢٧

28. Imana Allah, ni Yo Yarungitse Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yibangikanije uburongozi n'idini ry'ukuri ry'ubwislamu, kugira riganze hejuru y'amadini yose, kandi Imana Allah Irakwiye kuba Icabona ko Izoguha intsinzi, maze idini ryawe rikaganza.

هُوَ ٱلَّذِيٓ أَرۡسَلَ رَسُولَهُۥ بِٱلۡهُدَىٰ وَدِينِ ٱلۡحَقِّ لِيُظۡهِرَهُۥ عَلَى ٱلدِّينِ كُلِّهِۦۚ وَكَفَىٰ بِٱللَّهِ شَهِيدٗا ٢٨

29. Muhamadi, ni Intumwa y'Imana koko; abamukurikiye na bo, barakarira abagarariji, maze bakagiriranira impuhwe hagati yabo. Uzobabona bunama, bubama ku ruhanga mu gihe bariko barasenga, bazeye kuronka impano zivuye ku Mana Allah, maze Ikazobinjiza mu Bwami bw'ijuru Ibishimiye. Ikimenyetso c'iyumviramana ryabo kigaragarira ku ruhanga ku kwama bubamira Imana Allah mu gusenga. Ico rero, ni co kimenyetso kibaranga kivugwa muri Tawurati. Akarorero k'ibibaranga mu Njili, ni nk'igiterwa casohoye intumbatumba n'amashami, hanyuma nya mashami akagwirirana ashigikiye nya giterwa, maze nya giterwa na co kigakura gitotahaye, kigororotse, abarimyi bagahimbarwa bakibonye. Imana Allah, Ibagereranya rero n'igiterwa mw'igwirirana ryabo no gushaza kwabo, kugira ngo Ishavuze abagarariji[2]. Imana Allah Yasezeraniye muri bo, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe,

مُّحَمَّدٞ رَّسُولُ ٱللَّهِۚ وَٱلَّذِينَ مَعَهُۥٓ أَشِدَّآءُ عَلَى ٱلۡكُفَّارِ رُحَمَآءُ بَيۡنَهُمۡۖ تَرَىٰهُمۡ رُكَّعٗا سُجَّدٗا يَبۡتَغُونَ فَضۡلٗا مِّنَ ٱللَّهِ وَرِضۡوَٰنٗاۖ سِيمَاهُمۡ فِي وُجُوهِهِم مِّنۡ أَثَرِ ٱلسُّجُودِۚ ذَٰلِكَ مَثَلُهُمۡ فِي ٱلتَّوۡرَىٰةِۚ وَمَثَلُهُمۡ فِي ٱلۡإِنجِيلِ كَزَرۡعٍ أَخۡرَجَ شَطۡـَٔهُۥ فَـَٔازَرَهُۥ فَٱسۡتَغۡلَظَ فَٱسۡتَوَىٰ عَلَىٰ سُوقِهِۦ يُعۡجِبُ ٱلزُّرَّاعَ لِيَغِيظَ بِهِمُ ٱلۡكُفَّارَۗ وَعَدَ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ مِنۡهُم مَّغۡفِرَةٗ وَأَجۡرًا عَظِيمَۢا ٢٩

[1] "LAA ILAAHA ILLA LLAAH".

[2] Iyi Aayah, iremeza ko ukwanka ingendanyi ari igarariza, kuko ng'aha Imana Allah Izihayagiza mu kwerekana ko ukugwirirana no gushaza kwazo, bishavuza abagarariji, gutyo rero uwanka agashavuzwa na zo, aba abaye umugarariji.

kugumirizwa akabanga ku vyaha vyabo, maze Ikavyirengagiza ntibibahanire, hamwe rero n'impembo ihambaye y'Ubwami bw'ijuru.

49. Al-Hujuraat (Ivyumba)
Aayah 18, Madina

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تُقَدِّمُواْ بَيۡنَ يَدَيِ ٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦۖ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَۚ إِنَّ ٱللَّهَ سَمِيعٌ عَلِيمٞ ١

1. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimugakore ikintu na kimwe kitisunze ingingo y'Imana Allah n'Intumwa yayo, ngo mwadukane bishasha mu mabwirizwa y'idini; muraheza rero mutinye ibihano vy'Imana Allah mu gihe mwovuga canke mugakora ibiciye kubiri n'amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenukwumva, Irumva ivyo muvuga; Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo mukora n'ivyo muzirikana[1].

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَرۡفَعُوٓاْ أَصۡوَٰتَكُمۡ فَوۡقَ صَوۡتِ ٱلنَّبِيِّ وَلَا تَجۡهَرُواْ لَهُۥ بِٱلۡقَوۡلِ كَجَهۡرِ بَعۡضِكُمۡ لِبَعۡضٍ أَن تَحۡبَطَ أَعۡمَٰلُكُمۡ وَأَنتُمۡ لَا تَشۡعُرُونَ ٢

2. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukarenze urwamo Umuvugishwamana mu gihe muriko muraganira na we; kandi ntimugasemerere mu kumuhamagara nka kurya mubigenza hagati yanyu[2], kuko vyotuma ibikorwa vyanyu bicika impfagusa ata vyo muzi.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَغُضُّونَ أَصۡوَٰتَهُمۡ عِندَ رَسُولِ ٱللَّهِ أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ ٱمۡتَحَنَ ٱللَّهُ قُلُوبَهُمۡ لِلتَّقۡوَىٰۚ لَهُم مَّغۡفِرَةٞ وَأَجۡرٌ عَظِيمٌ ٣

3. Mu vy'ukuri, abaca bugufi mu kutarenza urwamo Intumwa y'Imana, igihe bari kumwe na yo; abo, ni bo Imana Allah Yagerageje imishaha yabo, maze Irayeza mu kuyishikana kw'igamburukiramana, bazogumirizwa akabanga ku vyaha vyabo, vyirengagizwe ntibabihanirwe, bazonaronka n'impano zihambaye kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يُنَادُونَكَ مِن وَرَآءِ ٱلۡحُجُرَٰتِ أَكۡثَرُهُمۡ لَا يَعۡقِلُونَ ٤

4. Muvugishwamana! Mu vy'ukuri, abaguhamagara basemerera bari hanze y'ivyumba vyawe, bakakurenza urwamo, abenshi muri bo, ntibatahura icubahiro cawe ngo baguhamagare mu rupfasoni rugukwiye.

وَلَوۡ أَنَّهُمۡ صَبَرُواْ حَتَّىٰ تَخۡرُجَ إِلَيۡهِمۡ لَكَانَ خَيۡرٗا لَّهُمۡۚ وَٱللَّهُ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٥

5. Iyo bihangana bakarindira ko usohoka, vyari kuba ari vyiza kuri bo ku Mana Allah kuko Yabategetse kukwubaha. Burya Imana Allah, ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

---

[1] Iyi Aayah, irihaniza abemeramana ko batokwadukana bishasha mw'idini, canke ngo bishingire ingingo ziciye kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah.

[2] Kutarenza urwamo Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) no guca bugufi mw'ijwi mu gihe co kuganira na yo, hamwe rero no kudasemerera mu kuyihamagara, ni bimwe mu rupfasoni rutegerezwa kwubahirizwa kuri yo, kuko yatewe iteka ryo kurungikwa n'Imana Allah kugira yemerwe, ikundwe, yongere ikurikirwe muri vyose.

6. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nihagira ikigaba kibazanira inkuru, murabanza muyitohoze mu bwitonzi imbere yuko muyemera ngo muyikwiragize, ku kwanka ko mwosanga mwandagaje abantu b'abera ku kutamenya, maze mugasigara muricuza ku vyo mwakoze.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِن جَآءَكُمْ فَاسِقٌۢ بِنَبَإٖ فَتَبَيَّنُوٓاْ أَن تُصِيبُواْ قَوْمَۢا بِجَهَٰلَةٖ فَتُصْبِحُواْ عَلَىٰ مَا فَعَلْتُمْ نَٰدِمِينَ ٦

7. Nimumenye kandi ko Intumwa y'Imana iri kumwe na mwe, muheze rero murangwe n'urupfasoni, kuko yoyo ishaka ko mubaho mw'iteka n'itekane, ata we mubangamiye. Mu gihe rero yobumvira mu vyo mwipfuza vyose, ni ukuri ntimwokworoherwa namba; ariko rero Imana Allah, Yabakundishije ukwemera Iranakuryohereza mu mishaha yanyu, Ibankisha ubugarariji n'ubugaba bwo kurenga ku mabwirizwa yayo no kugabitanya. Abarangwa n'izi ngeso nziza rero, ni bo bari mu nzira nziza ibereye y'ukuri.

وَٱعْلَمُوٓاْ أَنَّ فِيكُمْ رَسُولَ ٱللَّهِۚ لَوْ يُطِيعُكُمْ فِي كَثِيرٖ مِّنَ ٱلْأَمْرِ لَعَنِتُّمْ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ حَبَّبَ إِلَيْكُمُ ٱلْإِيمَٰنَ وَزَيَّنَهُۥ فِي قُلُوبِكُمْ وَكَرَّهَ إِلَيْكُمُ ٱلْكُفْرَ وَٱلْفُسُوقَ وَٱلْعِصْيَانَۚ أُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلرَّٰشِدُونَ ٧

8. Ivyo vyiza vyose murimwo, ni impano n'inema zivuye ku Mana Allah. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora.

فَضْلٗا مِّنَ ٱللَّهِ وَنِعْمَةٗۚ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٞ ٨

9. Nihagira imigwi ibiri mu bemeramana ishamirana ikarwana, muraca muyihuza muyinywanishe mwisunze Igitabu c'Imana Allah n'inyigisho z'intumwa. Nihagira umugwi muri yo wanka kwubahiriza ingingo yafashwe, muraheza muwurwanye mwivuye inyuma, gushika ugarutse ku ngingo y'Imana Allah n'Intumwa yayo. Niwagaruka kuri iyo ngingo rero, muranywanisha iyo migwi ata nkunzi, maze muyitunganirize mwisunze ingingo y'Imana Allah n'Intumwa yayo. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irakunda abatunganiriza abandi ata nkunzi[1].

وَإِن طَآئِفَتَانِ مِنَ ٱلْمُؤْمِنِينَ ٱقْتَتَلُواْ فَأَصْلِحُواْ بَيْنَهُمَاۖ فَإِنۢ بَغَتْ إِحْدَىٰهُمَا عَلَى ٱلْأُخْرَىٰ فَقَٰتِلُواْ ٱلَّتِي تَبْغِي حَتَّىٰ تَفِيٓءَ إِلَىٰٓ أَمْرِ ٱللَّهِۚ فَإِن فَآءَتْ فَأَصْلِحُواْ بَيْنَهُمَا بِٱلْعَدْلِ وَأَقْسِطُوٓاْۖ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلْمُقْسِطِينَ ٩

10. Ni ukuri abemeramana, ni abavukanyi mw'idini, muraheza rero munywanishe hagati y'abavukanyi banyu baramutse batase, maze mutinye Imana Allah muri ukwo kunywanisha kugira mugirirwe impuhwe na Yo.

إِنَّمَا ٱلْمُؤْمِنُونَ إِخْوَةٞ فَأَصْلِحُواْ بَيْنَ أَخَوَيْكُمْۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ لَعَلَّكُمْ تُرْحَمُونَ ١٠

11. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntihakagire umugwi w'abagabo usuzugura uwundi mugwi, kumbure hari n'aho umugwi usuzuguwe muri bo, woba urangwa n'ubutore gusumba umugwi wawusuzuguye. No mu bagore nyene, ntihakagire umugwi muri bo usuzugura uwundi mugwi, kumbure hari n'aho umugwi wasuzuguwe muri bo, woba urangwa n'ubutore gusumba umugwi wawusuzuguye. Ntimugatezanye urubwa, kandi ntimugatazirane amazina mabi (adakundwa). Ni bibi cane ko mwitana izina

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا يَسْخَرْ قَوْمٞ مِّن قَوْمٍ عَسَىٰٓ أَن يَكُونُواْ خَيْرٗا مِّنْهُمْ وَلَا نِسَآءٞ مِّن نِّسَآءٍ عَسَىٰٓ أَن يَكُنَّ خَيْرٗا مِّنْهُنَّۖ وَلَا تَلْمِزُوٓاْ أَنفُسَكُمْ وَلَا تَنَابَزُواْ بِٱلْأَلْقَٰبِۖ بِئْسَ ٱلِٱسْمُ ٱلْفُسُوقُ بَعْدَ ٱلْإِيمَٰنِۚ وَمَن لَّمْ يَتُبْ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ١١

[1] Muri iyi Aayah, harimwo icemezo c'uko Imana Allah Ikunda mu buryo buberanye n'icubahiro cayo.

ry'ubunyakibi mu nyuma y'aho mumariye kuba abislamu, mugatahura ububi bwavyo. Uwutazokwigaya rero ngo avavanure no kwitana izina nk'iryo, azoba ari mu birenganije.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱجۡتَنِبُواْ كَثِيرٗا مِّنَ ٱلظَّنِّ إِنَّ بَعۡضَ ٱلظَّنِّ إِثۡمٞۖ وَلَا تَجَسَّسُواْ وَلَا يَغۡتَب بَّعۡضُكُم بَعۡضًاۚ أَيُحِبُّ أَحَدُكُمۡ أَن يَأۡكُلَ لَحۡمَ أَخِيهِ مَيۡتٗا فَكَرِهۡتُمُوهُۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَۚ إِنَّ ٱللَّهَ تَوَّابٞ رَّحِيمٞ ١٢

12. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwirinde ukwikeka nabi kenshi abemeramana, mu vy'ukuri bimwe muri ukwo kwikeka nabi ni ibicumuro; kandi ntimukagendereze murondera kumenya utunenge twabo, ntimukandagazanye[1]. Burya none muri mwebwe, hari uwokunda ko yorya inyama z'umubiri w'umuvukanyi wiwe yamaze gupfa! Nimwanke mwankirize rero kwandagazanya, kuko kwandagaza umuntu ari nko kumurya inyama yapfuye. Nimugamburukire Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenukwumvirabigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ إِنَّا خَلَقۡنَٰكُم مِّن ذَكَرٖ وَأُنثَىٰ وَجَعَلۡنَٰكُمۡ شُعُوبٗا وَقَبَآئِلَ لِتَعَارَفُوٓاْۚ إِنَّ أَكۡرَمَكُمۡ عِندَ ٱللَّهِ أَتۡقَىٰكُمۡۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٌ خَبِيرٞ ١٣

13. Emwe bantu! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twabaremye Tubakomoye kuri so wanyu umwe ari we Adamu, na nyoko wanyu umwe ari we Hawa, nta gituma rero mwokwihaya ku nkomoko zanyu; Twaranabaremye mw'ima ry'intanga biciye mu kurondoka, Tubagira amahanga n'amoko atandukanye kw'isi kugira gusa mumenyane. Mu vy'ukuri, intore muri mwebwe isumba abandi ku Mana Allah, ni umugamburukiramana muri mwebwe gusumba abandi. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Muhetuziwavyose.

قَالَتِ ٱلۡأَعۡرَابُ ءَامَنَّاۖ قُل لَّمۡ تُؤۡمِنُواْ وَلَٰكِن قُولُوٓاْ أَسۡلَمۡنَا وَلَمَّا يَدۡخُلِ ٱلۡإِيمَٰنُ فِي قُلُوبِكُمۡۖ وَإِن تُطِيعُواْ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ لَا يَلِتۡكُم مِّنۡ أَعۡمَٰلِكُمۡ شَيۡـًٔاۚ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٞ رَّحِيمٌ ١٤

14. Ababa mu micungararo y'igisagara ca Madina, barinamuye bavuga bihaya bati: "Twaremeye vy'ukuri Imana Allah n'Intumwa yayo". Muvugishwamana! Babwire uti: "Ntimukihaye ko mwemeye vy'ukuri, ahubwo nimuvuge muti: "Twarabaye abislamu", nayo ukwemera ntikuranyengetera mu mitima yanyu. Nimwumvira Imana Allah n'Intumwa yayo, Imana Allah ntizogabanya na kimwe mu ndishi z'ibikorwa vyanyu". Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo[2].

إِنَّمَا ٱلۡمُؤۡمِنُونَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ ثُمَّ لَمۡ يَرۡتَابُواْ وَجَٰهَدُواْ بِأَمۡوَٰلِهِمۡ

15. Ni ukuri abemeramana koko, ni barya bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, hanyuma ntibagira amakenga mu kwemera kwabo, maze

[1] Kwandagaza umuntu, ni ukumuvugako ivyo adakunda ko bivugirwa ku mugaragaro mu gihe we nyene atahibereye ngo avyumve.

[1] Iyi Aayah, irabuza umuntu ko yihaya mu kwemera mu majambo, mu gihe ibikorwa vyiwe biteye kubiri n'ivyo avuga.

baharanira n'idini ry'Imana Allah mu gutanga amatungo yabo no mu kwitanga ubwabo. Abo, ni bo rero mvugakuri koko mu kwemera kwabo.

وَأَنفُسِهِمْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلصَّٰدِقُونَ ﴿١٥﴾

16. Muvugishwamana! Bwira ababa mu micungararo y'igisagara ca Madina uti: "Mbega mubwira Imana Allah ibijanye n'idini hamwe n'ukwemera kwanyu, kandi Imana Allah Izi neza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi! Burya rero Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ivyo mukora n'ivyo muzirikana".

قُلْ أَتُعَلِّمُونَ ٱللَّهَ بِدِينِكُمْ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلْأَرْضِ ۚ وَٱللَّهُ بِكُلِّ شَىْءٍ عَلِيمٌ ﴿١٦﴾

17. Muvugishwamana! Bakwihayako ko bagukurikiye bakaba abislamu! Babwire uti: "Ntimukanyihayeko ko mwabaye abislamu kuko mwababaye ku neza yanyu; ahubwo Imana Allah Ibihayako ku kuba Yarabashoboje kuba abislamu, mukayemera Yo hamwe n'Intumwa yayo nimwaba muri imvugakuri koko mu kwemera kwanyu".

يَمُنُّونَ عَلَيْكَ أَنْ أَسْلَمُوا۟ ۖ قُل لَّا تَمُنُّوا۟ عَلَىَّ إِسْلَٰمَكُم ۖ بَلِ ٱللَّهُ يَمُنُّ عَلَيْكُمْ أَنْ هَدَىٰكُمْ لِلْإِيمَٰنِ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿١٧﴾

18. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irazi neza ibinyegejwe ibiremwa mu majuru n'isi. Burya Imana Allah, ni Nyenukubona, Irabona neza ivyo mukora kandi Izobibahembera.

إِنَّ ٱللَّهَ يَعْلَمُ غَيْبَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ وَٱللَّهُ بَصِيرٌۢ بِمَا تَعْمَلُونَ ﴿١٨﴾

50. Qaaf (Qaaf)
Aayah 45, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Qaaf[1]. Jewe Allah, Ndarahiye kuri iyi Qor'ani y'iteka n'icubahiro, ko Intumwa Muhamadi ari imvugakuri mu vyo ishikiriza;

قٓ ۚ وَٱلْقُرْءَانِ ٱلْمَجِيدِ ﴿١﴾

2. Ahubwo abahakanye bivuye inyuma Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), batangajwe n'uko muri bo harungitswe Umugabisha abagabisha ku bihano vy'Imana Allah, maze abagararije Imana Allah n'Intumwa yayo baca bavuga bitangaza bati: "Iki, ni ikintu gitangaje pe!

بَلْ عَجِبُوٓا۟ أَن جَآءَهُم مُّنذِرٌ مِّنْهُمْ فَقَالَ ٱلْكَٰفِرُونَ هَٰذَا شَىْءٌ عَجِيبٌ ﴿٢﴾

3. Mbega burya nitwapfa tugacika ivu n'amagufa mu kuzimu, tuzoheza dusubizwe ubuzima tuzuke koko! Yemwe! Iryo zuka rero, riri kure nk'ukwezi, ntiribaho".

أَءِذَا مِتْنَا وَكُنَّا تُرَابًا ۖ ذَٰلِكَ رَجْعٌۢ بَعِيدٌ ﴿٣﴾

4. Ni ukuri Twebwe Allah, Turazi neza ibibora mu mibiri yabo bigahinduka ivu, maze isi ikabinunuza; Turafise rero n'Igitabu nyezina kibungabunzwe, canditswemwo ivyagezwe kuri bo n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudhw".

قَدْ عَلِمْنَا مَا تَنقُصُ ٱلْأَرْضُ مِنْهُمْ ۖ وَعِندَنَا كِتَٰبٌ حَفِيظٌۢ ﴿٤﴾

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'Igisomwa Al-Baqara.

5. Ahubwo rero, ababangikanyamana barahakanye bivuye inyuma Qor'ani igihe ibashikiriye, baraheza baguma bajuragirika mu vyiyumviro, batazi ico bafata n'ico bareka hagati y'ukwemera no guhakana.

بَلْ كَذَّبُواْ بِٱلْحَقِّ لَمَّا جَآءَهُمْ فَهُمْ فِيٓ أَمْرٍ مَّرِيجٍ ۝٥

6. Mbega aho bahakana izurwa ry'ibiremwa, ntibabona ijuru rihanitse hejuru yabo, ukuntu Twebwe Allah Twaryubatse riringaniye, Turaheza Turishariza n'inyenyeri zakaka, ata n'akanenge woribonamwo!

أَفَلَمْ يَنظُرُوٓاْ إِلَى ٱلسَّمَآءِ فَوْقَهُمْ كَيْفَ بَنَيْنَٰهَا وَزَيَّنَّٰهَا وَمَا لَهَا مِن فُرُوجٍ ۝٦

7. Mbega, ntibabona n'isi nyene ko Twayaguye, maze Turayisasa, Tuyigirako n'imisozi iyigumije nk'imambo ku kwanka ko yobajegeza, Turaheza Tuyimereshako n'ubwoko bwose bw'ivyimeza bibereye ijisho!

وَٱلْأَرْضَ مَدَدْنَٰهَا وَأَلْقَيْنَا فِيهَا رَوَٰسِيَ وَأَنۢبَتْنَا فِيهَا مِن كُلِّ زَوْجٍۭ بَهِيجٍ ۝٧

8. Ivyo vyose rero, Twabiremye kugira Dukebure Twongere Twibutse uwo wese ashaka kugaruka ku Mana Allah;

تَبْصِرَةً وَذِكْرَىٰ لِكُلِّ عَبْدٍ مُّنِيبٍ ۝٨

9. Twaranatumye hagwa n'amazi y'imvura avuye mu bicu azananye mu kirere abafitiye akamaro kanini, maze Tumeresha amashamba y'ibiti vyinshi, hamwe rero n'ibinyantete hakoreshejwe nya mazi;

وَنَزَّلْنَا مِنَ ٱلسَّمَآءِ مَآءً مُّبَٰرَكًا فَأَنۢبَتْنَا بِهِۦ جَنَّٰتٍ وَحَبَّ ٱلْحَصِيدِ ۝٩

10. Tumeresha n'ibiti vy'itende bikura bikaba birebire, biheka n'itende zihekeranye;

وَٱلنَّخْلَ بَاسِقَٰتٍ لَّهَا طَلْعٌ نَّضِيدٌ ۝١٠

11. Ivyo vyose rero, Tukaba Twabimeresheje kugira bibesheho ibiremwa, kimwe cose ku co gikeneye. Twaranatotahaje isi hakoreshejwe nya mazi nyene, isi yari yagadutse igacika ubukumbagare, isubira kunagisha ibiterwa n'ivyimeza bitandukanye. Ni nk'ukwo nyene rero na mwe Tuzobasubiza kandi ubuzima mukazuka ku musi w'izuka.

رِّزْقًا لِّلْعِبَادِ ۖ وَأَحْيَيْنَا بِهِۦ بَلْدَةً مَّيْتًا ۚ كَذَٰلِكَ ٱلْخُرُوجُ ۝١١

12. Hambere y'ababangikanyamana b'Abakorayishi, harigeze guhakana abantu ba Nuhu, Beniriba na Bene Thamuudi barungikiwe Swalehe;

كَذَّبَتْ قَبْلَهُمْ قَوْمُ نُوحٍ وَأَصْحَٰبُ ٱلرَّسِّ وَثَمُودُ ۝١٢

13. Bene Aadi barungikiwe Huudi, Firawuni yarungikiwe Musa, abantu ba Luutwi;

وَعَادٌ وَفِرْعَوْنُ وَإِخْوَٰنُ لُوطٍ ۝١٣

14. Abantu bo mu gisagara c'ibiti bitotahaye barungikiwe Shu'ayibu, hamwe rero n'abantu b'umwami wo muri Yemeni batazira Tubba'a[1]. Abo bose rero, barahakanye bivuye inyuma Intumwa barungikiwe, gutyo bashikirwa n'inkurikizi zo kutumva ukubihaniza kwanje Jewe Allah, Nca Ndabahana vy'akarorero.

وَأَصْحَٰبُ ٱلْأَيْكَةِ وَقَوْمُ تُبَّعٍ ۚ كُلٌّ كَذَّبَ ٱلرُّسُلَ فَحَقَّ وَعِيدِ ۝١٤

15. Mbega none, bibaza ko Twananiwe kurema ibiremwa Twaremye na mbere ata n'ico Turinze kurabirako, ku buryo Twonanirwa no kubisubiza kandi ubuzima ngo

أَفَعَيِينَا بِٱلْخَلْقِ ٱلْأَوَّلِ ۚ بَلْ هُمْ فِى لَبْسٍ مِّنْ خَلْقٍ جَدِيدٍ ۝١٥

[1] Tubba'a, ni itazirano ryahabwa umwami uwo ari we wese mu bami batwara igihugu ca Yemeni aho hambere hahise.

bizuke vyaramaze guhona! Kira noneho, ivyo ntivyotunanira. Ukuri, ni uko ababangikanyamana bo bafise amakenga ku kuntu izurwa ry'ibiremwa ryoshoboka kandi vyaramaze gupfa.

16. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaremye umuntu Tuzi neza ivyo umushaha wiwe umwosha. Kira noneho, Turi no hafi yiwe cane kurusha umutsi mukuru wo kw'izosi ufitaniye imihora n'umutima;

وَلَقَدْ خَلَقْنَا ٱلْإِنسَٰنَ وَنَعْلَمُ مَا تُوَسْوِسُ بِهِۦ نَفْسُهُۥ ۖ وَنَحْنُ أَقْرَبُ إِلَيْهِ مِنْ حَبْلِ ٱلْوَرِيدِ ﴿١٦﴾

17. Igihe abamalayika babiri baba bari iburyo n'ibubamfu, maze uwuri iburyo akandika ibikorwa vy'umuntu vyiza, uwuri ibubamfu na we akandika ibikorwa vyiwe bibi;

إِذْ يَتَلَقَّى ٱلْمُتَلَقِّيَانِ عَنِ ٱلْيَمِينِ وَعَنِ ٱلشِّمَالِ قَعِيدٌ ﴿١٧﴾

18. Nta n'ijambo na rimwe riva mu kanwa kiwe, kiretse ko aba afise umumalayika amucungereye aheza akaryandika, akaba ari na co gusa ajejwe;

مَّا يَلْفِظُ مِن قَوْلٍ إِلَّا لَدَيْهِ رَقِيبٌ عَتِيدٌ ﴿١٨﴾

19. Yashikirwa n'ibimenyetso vy'ukuri vy'uko ari ku mpfiro, akabwirwa ati: "Ewe muntu! Ico ni co wahora uhunga utinya ko kigushikira";

وَجَآءَتْ سَكْرَةُ ٱلْمَوْتِ بِٱلْحَقِّ ۖ ذَٰلِكَ مَا كُنتَ مِنْهُ تَحِيدُ ﴿١٩﴾

20. Maze inzamba igira kabiri yo kuzurwa kw'ibiremwa ivuzwe. Uwo rero ni wo musi w'izuka, Imana Allah Yasezeraniye abagarariji ko utegerezwa gushika;

وَنُفِخَ فِى ٱلصُّورِ ۚ ذَٰلِكَ يَوْمُ ٱلْوَعِيدِ ﴿٢٠﴾

21. Umuntu wese rero kuri uwo musi, azoza ari kumwe n'abamalayika babiri; umwe azoba amushoreye, awundi na we akazoba aje kumwagiriza ku vyo yakoze kw'isi.

وَجَآءَتْ كُلُّ نَفْسٍ مَّعَهَا سَآئِقٌ وَشَهِيدٌ ﴿٢١﴾

22. Aheze abwirwe ati: "Ni ukuri, wari waragoswe ku vyo wiboneye kuri uno musi, maze Twebwe Allah Tugukurirako ipaziya ku buryo amaso yawe kuri uno musi abona ata guhwihwisha".

لَّقَدْ كُنتَ فِى غَفْلَةٍ مِّنْ هَٰذَا فَكَشَفْنَا عَنكَ غِطَآءَكَ فَبَصَرُكَ ٱلْيَوْمَ حَدِيدٌ ﴿٢٢﴾

23. Umumalayika yamugendanira yandika ivyo akora, azomwagiriza ati: "Ng'ibi ivyo wakoze ndabifise kandi birabungabunzwe, biranditswe".

وَقَالَ قَرِينُهُۥ هَٰذَا مَا لَدَىَّ عَتِيدٌ ﴿٢٣﴾

24. Imana Allah Imaze gutunganiriza ibiremwa, Izobwira nya bamalayika babiri Iti: "Nimuterere muri Jahannamu umuhakanyi uwo ari we wese yimonogoje mu bugarariji, intumva mu kurenga ku mabwirizwa;

أَلْقِيَا فِى جَهَنَّمَ كُلَّ كَفَّارٍ عَنِيدٍ ﴿٢٤﴾

25. Akaba n'impfumbasi itigera itanga namba mu matungo yayo, yahonyanga agateka k'abandi, ikarenga no ku mabwirizwa, yamana amakenga ku vyo yasezeraniwe no mu vyo yihanijweko;

مَّنَّاعٍ لِّلْخَيْرِ مُعْتَدٍ مُّرِيبٍ ﴿٢٥﴾

26. Uwabangikanije Imana Allah n'iyindi mana, nimumuterere mu bihano bikaze vya Jahannamu";

ٱلَّذِى جَعَلَ مَعَ ٱللَّهِ إِلَٰهًا ءَاخَرَ فَأَلْقِيَاهُ فِى ٱلْعَذَابِ ٱلشَّدِيدِ ﴿٢٦﴾

27. Shetani yamwama hafi mu kumwosha nabi, izomwihakana maze ivuge iti: "Mana yacu Rurema Allah!

۞ قَالَ قَرِينُهُۥ رَبَّنَا مَآ أَطْغَيْتُهُۥ وَلَٰكِن كَانَ فِى ضَلَٰلٍۭ بَعِيدٍ ﴿٢٧﴾

Sinigeze ndamuhubisha, ariko yari asanzwe ari mu muzimagiza uri kure cane y'ukuri".

28. Imana Allah Izovuga Iti: "Nimukazibe! Nta kamaro ko gutanako imiragwe imbere yanje mu gihe Nabasezeraniye kw'isi ko umugarariji azohanwa;

قَالَ لَا تَخْتَصِمُواْ لَدَيَّ وَقَدْ قَدَّمْتُ إِلَيْكُم بِٱلْوَعِيدِ ﴿٢٨﴾

29. Sinisubirako mw'ijambo, kanatsinda Jewe Allah, sindenganya n'umwe mu biremwa ngo Ndamuhanire icaha c'uwundi".

مَا يُبَدَّلُ ٱلْقَوْلُ لَدَيَّ وَمَآ أَنَا۠ بِظَلَّٰمٍ لِّلْعَبِيدِ ﴿٢٩﴾

30. Ntumwa y'Imana! Ibutsa abo warungitsweko umusi Twebwe Allah Twabwiye Jahannamu Duti: "Mbega wuzuye!"; Jahannamu na yo ikishura iti: "Hoba hariho inyongera mu bantu no mu Majini ngo mumpe!", Imana Allah Ice Iyishiramwo ikirenge cayo, maze na yo ubwo nyene ice icureha ivuga iti: "Geza aho nakwiwe, nakwiwe, namaze kwuzura, nta n'inyongera nkeneye".

يَوْمَ نَقُولُ لِجَهَنَّمَ هَلِ ٱمْتَلَأْتِ وَتَقُولُ هَلْ مِن مَّزِيدٍ ﴿٣٠﴾

31. Ubwami bw'ijuru buzokwegerezwa hafi y'abagamburukiramana, maze babwitegereze akamwemwe ku kandi kabasya;

وَأُزْلِفَتِ ٱلْجَنَّةُ لِلْمُتَّقِينَ غَيْرَ بَعِيدٍ ﴿٣١﴾

32. Bace babwirwa bati: "Ubu, ni bwo Bwami mwasezeraniwe ko buzohabwa uwo wese yigaya ku vyaha vyiwe, akabungabunga n'ivyo yasezeraniye Imana Allah;

هَٰذَا مَا تُوعَدُونَ لِكُلِّ أَوَّابٍ حَفِيظٍ ﴿٣٢﴾

33. Uwatinye Nyenimpuhwe kw'isi ataranamubona, maze akaza ku musi w'izuka, n'umutima wigaya".

مَّنْ خَشِيَ ٱلرَّحْمَٰنَ بِٱلْغَيْبِ وَجَآءَ بِقَلْبٍ مُّنِيبٍ ﴿٣٣﴾

34. Uyo rero ku musi w'izuka, azoba ari mu bemeramana bazobwirwa bati: "Nimwinjire ubwo Bwami mu mahoro mutekaniwe". Uwu rero, ni wo musi w'ubuzima budahera;

ٱدْخُلُوهَا بِسَلَٰمٍ ۖ ذَٰلِكَ يَوْمُ ٱلْخُلُودِ ﴿٣٤﴾

35. Bazoronswa muri Bwo ivyo bipfuza vyose, baranafiseyo n'izindi nema z'inyongera; iyihambaye muri zo, ikaba ari ukwibonera ukuri kwamye Imana Allah.

لَهُم مَّا يَشَآءُونَ فِيهَا وَلَدَيْنَا مَزِيدٌ ﴿٣٥﴾

36. Hambere y'ababangikanyamana b'i Makka, hari n'imigwi y'abantu Twahoneje, bari bafise inguvu n'ukwiganza kubasumba; barashatse gutungwa n'ayo bameze bahungira mu bihugu hirya no hino ngo ntibahanwe. Mbega none, burya hari uworonka ubuhungiro ahungiramwo ibihano vy'Imana Allah!

وَكَمْ أَهْلَكْنَا قَبْلَهُم مِّن قَرْنٍ هُمْ أَشَدُّ مِنْهُم بَطْشًا فَنَقَّبُواْ فِي ٱلْبِلَٰدِ هَلْ مِن مَّحِيصٍ ﴿٣٦﴾

37. Mu vy'ukuri muri iryo honywa ryabo rero, ni ukuri harimwo inkebuzo ku wufise umutima utahura, canke agatega amatwi umutima uri mu nda.

إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَذِكْرَىٰ لِمَن كَانَ لَهُۥ قَلْبٌ أَوْ أَلْقَى ٱلسَّمْعَ وَهُوَ شَهِيدٌ ﴿٣٧﴾

38. Ni ukuri, Twaremye amajuru indwi n'isi hamwe n'ibiri hagati yavyo mu misi itandatu, kandi ntitwigeze Turuha namba[1].

وَلَقَدْ خَلَقْنَا ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ وَمَا بَيْنَهُمَا فِى سِتَّةِ أَيَّامٍ وَمَا مَسَّنَا مِن لُّغُوبٍ ﴿٣٨﴾

39. Ntumwa y'Imana! Ihanganire rero ivyo abagarariji bavuga, uheze uremururire umushaha, uninahaze Imana yawe Rurema Allah mu kuyishimagiza, mw'isengesho ryo mu mutwenzi imbere yuko izuba riseruka, no mw'isengesho ryo ku muhingamo imbere yuko izuba rirenga;

فَٱصْبِرْ عَلَىٰ مَا يَقُولُونَ وَسَبِّحْ بِحَمْدِ رَبِّكَ قَبْلَ طُلُوعِ ٱلشَّمْسِ وَقَبْلَ ٱلْغُرُوبِ ﴿٣٩﴾

40. Maze uyininahaze mu kuyishimagiza no mw'isengesho ryo ku mugoroba bumaze guhwibira, wongere uyininahaze uyishimagiza mu nyuma y'amasengesho.

وَمِنَ ٱلَّيْلِ فَسَبِّحْهُ وَأَدْبَٰرَ ٱلسُّجُودِ ﴿٤٠﴾

41. Ntumwa y'Imana! Urumviriza rero umusi umumalayika ajejwe kuvuza inzamba, umusi yayivugije ari hafi cane;

وَٱسْتَمِعْ يَوْمَ يُنَادِ ٱلْمُنَادِ مِن مَّكَانٍ قَرِيبٍ ﴿٤١﴾

42. Umusi abantu bazokwumva vy'ukuri ijwi ry'inzamba igira kabiri; uwo rero ni wo musi, abantu bazozuka bava mu kuzimu.

يَوْمَ يَسْمَعُونَ ٱلصَّيْحَةَ بِٱلْحَقِّ ذَٰلِكَ يَوْمُ ٱلْخُرُوجِ ﴿٤٢﴾

43. Mu vy'ukuri, ni Twebwe Allah Dutanga ubuzima ku biremwa, maze bikabaho; ni na Twebwe nyene Tubwaka nya biremwa maze bigapfa, ni no kuri Twebwe rero ibiremwa vyose bizosubira kugira bihemberwe ivyo vyakoze;

إِنَّا نَحْنُ نُحْىِۦ وَنُمِيتُ وَإِلَيْنَا ٱلْمَصِيرُ ﴿٤٣﴾

44. Umusi isi yasataguritse kugira abapfuye bazuke, maze bagasokoroka banyaragasa bitaba umuraritsi, iryo yegerenywa ry'ibiremwa rero, kuri Twebwe rirororoshe cane.

يَوْمَ تَشَقَّقُ ٱلْأَرْضُ عَنْهُمْ سِرَاعًا ذَٰلِكَ حَشْرٌ عَلَيْنَا يَسِيرٌ ﴿٤٤﴾

45. Twebwe Turazi neza ibivugwa n'ababangikanyamana mu kurementanya no mu guhakana Aayah n'ivyemezo vyacu. Ntumwa y'Imana! Kandi wewe, ntujejwe namba kubahatira kuba abislamu, ahubwo ujejwe ishikirizabutumwa; ibutsa rero ukoresheje Qor'ani, uwutinya akaniyubara ukwihaniza kwanje ku bihano vyo ku musi w'izuka.

نَّحْنُ أَعْلَمُ بِمَا يَقُولُونَ وَمَآ أَنتَ عَلَيْهِم بِجَبَّارٍ فَذَكِّرْ بِٱلْقُرْءَانِ مَن يَخَافُ وَعِيدِ ﴿٤٥﴾

51. Ad-Dhaariyaat (Ibihuhusi bitumura ivumbi)
Aayah 60, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye ku bihuhusi bitumura ivumbi;

وَٱلذَّٰرِيَٰتِ ذَرْوًا ﴿١﴾

[1] Uwufise ubushobozi n'ububasha bwo kurema ivyo vyose, arashoboye no gusubiza ubuzima abapfuye, maze bakazuka.

2. No ku bicu vy'imvura;	فَٱلْحَٰمِلَٰتِ وِقْرًا ﴿٢﴾
3. No ku bwato bugendera mw'ibahari vyoroshe;	فَٱلْجَٰرِيَٰتِ يُسْرًا ﴿٣﴾
4. No ku bamalayika bashikana amabwirizwa y'Imana Allah ku biremwa;	فَٱلْمُقَسِّمَٰتِ أَمْرًا ﴿٤﴾
5. Ko vy'ukuri izurwa ry'ibiremwa musezeranirwa ari iry'ukuri, ritegerezwa gushika;	إِنَّمَا تُوعَدُونَ لَصَادِقٌ ﴿٥﴾
6. N'uko mu vy'ukuri iharurirwa n'impera ku vyo mwakoze, bitegerezwa kuba!	وَإِنَّ ٱلدِّينَ لَوَٰقِعٌ ﴿٦﴾
7. Jewe Allah, Ndarahiye kw'ijuru ryaremwe mu buryo butangaje;	وَٱلسَّمَآءِ ذَاتِ ٱلْحُبُكِ ﴿٧﴾
8. Ko mu vy'ukuri, mwebwe abahakanyi muri ba mahindagu ku vyerekeye ukwemera Qor'ani hamwe n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);	إِنَّكُمْ لَفِى قَوْلٍ مُّخْتَلِفٍ ﴿٨﴾
9. Higizwa kure ya Qor'ani n'Intumwa, uwigijwe kure y'ukuvyemera mu kwirengagiza ivyemezo vy'Imana Allah.	يُؤْفَكُ عَنْهُ مَنْ أُفِكَ ﴿٩﴾
10. Harakavumwa rero abahakanyi bibwira ibitari ukuri;	قُتِلَ ٱلْخَرَّٰصُونَ ﴿١٠﴾
11. Abimonogoje mu buhakanyi, bagoswe mu bugarariji;	ٱلَّذِينَ هُمْ فِى غَمْرَةٍ سَاهُونَ ﴿١١﴾
12. Babaza bitangaza mu ntumbero yo guhakana bati: "Mbega umusi w'iharurirwa n'impera, uzoshika ryari!".	يَسْـَٔلُونَ أَيَّانَ يَوْمُ ٱلدِّينِ ﴿١٢﴾
13. Umusi w'iharurirwa n'impera, ni umusi bahanishijwe umuriro;	يَوْمَ هُمْ عَلَى ٱلنَّارِ يُفْتَنُونَ ﴿١٣﴾
14. Maze bakabwirwa bati: "Nimuhonje ibihano vyanyu, ari na vyo mwahora mwihutira gusaba kw'isi ko mwohabwa".	ذُوقُوا۟ فِتْنَتَكُمْ هَٰذَا ٱلَّذِى كُنتُم بِهِۦ تَسْتَعْجِلُونَ ﴿١٤﴾
15. Mu vy'ukuri abagamburukiramana, kuri uwo musi bazoba bari mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, irimwo n'amazi y'imbizi atemba;	إِنَّ ٱلْمُتَّقِينَ فِى جَنَّٰتٍ وَعُيُونٍ ﴿١٥﴾
16. Maze bakirane urweze n'akanyamuneza, impano bahawe n'Imana yabo Rurema Allah, mu vy'ukuri n'imbere yuko bahabwa nya mpano, bahora ari abagwaneza mu bugamburutsi bwabo kw'isi;	ءَاخِذِينَ مَآ ءَاتَىٰهُمْ رَبُّهُمْ ۚ إِنَّهُمْ كَانُوا۟ قَبْلَ ذَٰلِكَ مُحْسِنِينَ ﴿١٦﴾
17. Ni gake baryama mw'ijoro ku kubera ugusenga;	كَانُوا۟ قَلِيلًا مِّنَ ٱلَّيْلِ مَا يَهْجَعُونَ ﴿١٧﴾
18. No mu bucagucagu, barasaba Imana Allah imbabazi ku vyaha vyabo;	وَبِٱلْأَسْحَارِ هُمْ يَسْتَغْفِرُونَ ﴿١٨﴾
19. No mu matungo yabo, baratanga ishikanwa-bwirizwa n'imperezwa, bagahereza umukene asega n'uwipfa agasoni ntasege.	وَفِىٓ أَمْوَٰلِهِمْ حَقٌّ لِّلسَّآئِلِ وَٱلْمَحْرُومِ ﴿١٩﴾
20. Burya mw'iremwa ry'isi, harimwo ivyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, ku bemera ata guhigimanga ko Allah ari Yo Mana y'ukuri Ibwirijwe gusengwa, n'uko Muhamadi ari Intumwa yayo.	وَفِى ٱلْأَرْضِ ءَايَٰتٌ لِّلْمُوقِنِينَ ﴿٢٠﴾

21. Bantu! No mw'iremwa ryanyu nyene, harimwo ivyemezo vyerekana ko Imana Allah ari Yo Yonyene Yabaremye, gutyo Ikaba ari Yo Ibwirijwe gusengwa ari Imana Imwe Rudende Itabangikanywa. Mbega none ntimubona ngo mutegere ukuri!

وَفِيٓ أَنفُسِكُمۡۚ أَفَلَا تُبۡصِرُونَ ٢١

22. Ibibabeshaho hamwe n'ivyo musezeranirwa: vyaba ivyiza canke ibibi, amahirwe canke amarushwa, vyose biri mw'ijuru, vyaragezwe kandi biranditswe.

وَفِي ٱلسَّمَآءِ رِزۡقُكُمۡ وَمَا تُوعَدُونَ ٢٢

23. Ku kubera ivyo vyose rero, Ndarahiye Jewe Allah ku kuba ari Jewe Rurema Yaremye ijuru n'isi, ko ivyo Nabasezeraniye vyose, ari ukuri mudakwiye kugirako amakenga; nka kurya mutagira amakenga ko muvuga mugatomora.

فَوَرَبِّ ٱلسَّمَآءِ وَٱلۡأَرۡضِ إِنَّهُۥ لَحَقّٞ مِّثۡلَ مَآ أَنَّكُمۡ تَنطِقُونَ ٢٣

24. Ntumwa y'Imana! Mbega warashikiriwe n'inkuru y'abashitsi bubashwe mu bamalayika bigeze kugendera Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah);

هَلۡ أَتَىٰكَ حَدِيثُ ضَيۡفِ إِبۡرَٰهِيمَ ٱلۡمُكۡرَمِينَ ٢٤

25. Igihe binjira kwa Ibrahimu bagaca baramutsa bati: "Nimugire amahoro"; maze na we akabishura ati: "Nimusangwe amahoro, emwe bashitsi ntamenye abo muri bo!".

إِذۡ دَخَلُواْ عَلَيۡهِ فَقَالُواْ سَلَٰمٗاۖ قَالَ سَلَٰمٞ قَوۡمٞ مُّنكَرُونَ ٢٥

26. Ni ho yinyavya mu kigo afata ishashi y'inka inuze arayibaga, arayotsa;

فَرَاغَ إِلَىٰٓ أَهۡلِهِۦ فَجَآءَ بِعِجۡلٖ سَمِينٖ ٢٦

27. Araheza ayizimana ba bashitsi mu rupfasoni nta ngere ati: "Mbega ntimwokwihereza!";

فَقَرَّبَهُۥٓ إِلَيۡهِمۡ قَالَ أَلَا تَأۡكُلُونَ ٢٧

28. Ibrahimu amaze kubona ko ba bashitsi badafunguye, vyaramuteye ubwoba. Nya ntumwa zimaze kubona ko Ibrahimu yagize ubwoba, zahavuye mu kumuhumuriza zimubwira ziti: "Ntugire ubwoba namba! Twebwe turi abamalayika". Ni ho rero baca banamushikiriza n'agakuru keza yuko umukenyezi wiwe Sarah azokwibaruka umwana w'incabwenge mw'idini yitwa Is-haka.

فَأَوۡجَسَ مِنۡهُمۡ خِيفَةٗۖ قَالُواْ لَا تَخَفۡۖ وَبَشَّرُوهُ بِغُلَٰمٍ عَلِيمٖ ٢٨

29. Umukenyezi wa Ibrahimu Sarah aho yumviye inkuru yuko azokwibaruka umwana, yaregereye hafi yabo, maze yikubita kw'itama yitangaza ati: "Bishoboka gute ko novyara kandi ndi umukecuru, nkaba ndi n'ingumba!".

فَأَقۡبَلَتِ ٱمۡرَأَتُهُۥ فِي صَرَّةٖ فَصَكَّتۡ وَجۡهَهَا وَقَالَتۡ عَجُوزٌ عَقِيمٞ ٢٩

30. Ba bashitsi b'abamalayika bamwishuye bati: "Iyo nkuru tuyikubwiye nk'uko yavuzwe n'Imana yawe Rurema Allah Yo Mushoboravyose; mu vy'ukuri Imana Allah, ni Intungane mu vyo Ikora, Nyenubumenyikurivyose".

قَالُواْ كَذَٰلِكِ قَالَ رَبُّكِۖ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلۡحَكِيمُ ٱلۡعَلِيمُ ٣٠

31. Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yabwiye nya ntumwa mu bamalayika ati: "Ntumwa z'Imana! None mwoba mugenzwa n'amaki?";

۞قَالَ فَمَا خَطۡبُكُمۡ أَيُّهَا ٱلۡمُرۡسَلُونَ ٣١

32. Na zo zirishura ziti: "Mu vy'ukuri, twarungitswe ku bantu b'abanyavyaha bimonogoje mw'igarariza;

قَالُوٓاْ إِنَّآ أُرۡسِلۡنَآ إِلَىٰ قَوۡمٖ مُّجۡرِمِينَ ٣٢

33. Kugira tubahanishe amabuye yokeje;

لِنُرۡسِلَ عَلَيۡهِمۡ حِجَارَةٗ مِّن طِينٖ ٣٣

34. Nya mabuye ariko ikimenyetso kivuye ku Mana yawe Rurema Allah, yagenewe abimonogoje mu bugarariji bagenzwa n'ubwononyi kw'isi".

مُّسَوَّمَةً عِندَ رَبِّكَ لِلۡمُسۡرِفِينَ ٣٤

35. Ni ho rero Twebwe Allah, Twakura mu gacimbiri k'abantu ba Luutwi, abemeramana;

فَأَخۡرَجۡنَا مَن كَانَ فِيهَا مِنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ٣٥

36. Eka mbere ntitwanasanze muri nya gacimbiri, kiretse umuhana umwe gusa w'abemeramana, ukaba wari uwa Luutwi (nyakugira amahoro y'Imana Allah);

فَمَا وَجَدۡنَا فِيهَا غَيۡرَ بَيۡتٖ مِّنَ ٱلۡمُسۡلِمِينَ ٣٦

37. Muri ko, Twahasize ikimenyetso c'igihano Twababahaye, cerekana ubushobozi bw'Imana Allah bwo guhana, ku bantu batinya ibihano vyayo bibabaza.

وَتَرَكۡنَا فِيهَآ ءَايَةٗ لِّلَّذِينَ يَخَافُونَ ٱلۡعَذَابَ ٱلۡأَلِيمَ ٣٧

38. No mw'irungikwa rya Musa kwa Firawuni n'abunganizi biwe, igihe Tumurungikana Aayah n'ivyemezo bigaragara, harimwo Aayah n'inkebuzo ku bantu batinya ibihano bibabaza vy'Imana Allah.

وَفِي مُوسَىٰٓ إِذۡ أَرۡسَلۡنَٰهُ إِلَىٰ فِرۡعَوۡنَ بِسُلۡطَٰنٖ مُّبِينٖ ٣٨

39. Firawuni yaragenjeje umugongo arirengagiza ukuri ku kwishimira inguvu ziwe, maze avuga ati: "Musa, ni umurozi canke ni umukehabwenge yeruye!".

فَتَوَلَّىٰ بِرُكۡنِهِۦ وَقَالَ سَٰحِرٌ أَوۡ مَجۡنُونٞ ٣٩

40. Ni ho rero Twafata Firawuni n'ingabo ziwe, Duca Tubaterera mw'ibahari. Firawuni yari yakoze ibituma atabwako imiragwe ashavuriwe n'Imana Allah.

فَأَخَذۡنَٰهُ وَجُنُودَهُۥ فَنَبَذۡنَٰهُمۡ فِي ٱلۡيَمِّ وَهُوَ مُلِيمٞ ٤٠

41. No mw'ihonywa rya Bene Aadi, harimwo Aayah n'inkebuzo ku wutegera, igihe Twabarungikira igihuhusi gitema kigatongora;

وَفِي عَادٍ إِذۡ أَرۡسَلۡنَا عَلَيۡهِمُ ٱلرِّيحَ ٱلۡعَقِيمَ ٤١

42. Nta kintu na kimwe nya gihuhusi caciyeko, kiretse ko cagisiga ari ubunywenywe.

مَا تَذَرُ مِن شَيۡءٍ أَتَتۡ عَلَيۡهِ إِلَّا جَعَلَتۡهُ كَٱلرَّمِيمِ ٤٢

43. No mw'ihanwa rya Bene Thamuudi, harimwo Aayah n'inkebuzo, igihe Intumwa yabo Swalehe (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yababwira iti: "Nimuryoherwe mu zanyu imisi itatu itarenga ntirenguke mu kurindira urwanyu ko rushika".

وَفِي ثَمُودَ إِذۡ قِيلَ لَهُمۡ تَمَتَّعُواْ حَتَّىٰ حِينٖ ٤٣

44. Bene Thamuudi baragabitanije kw'ibwirizwa ry'Imana yabo Rurema Allah, baca bahitanwa n'igihano c'umuriro amaso mu yandi;

فَعَتَوۡاْ عَنۡ أَمۡرِ رَبِّهِمۡ فَأَخَذَتۡهُمُ ٱلصَّٰعِقَةُ وَهُمۡ يَنظُرُونَ ٤٤

45. Ntibashoboye no guhaguruka ngo babihunge bitarashika, canke ngo bavyikuremwo, eka mbere n'iyo bahunga ntibari kubirokoka.

فَمَا ٱسۡتَطَٰعُواْ مِن قِيَامٖ وَمَا كَانُواْ مُنتَصِرِينَ ٤٥

46. Twaranahoneje abantu ba Nuhu hambere yabo. Mu vy'ukuri abantu ba Nuhu, bari n'abantu b'ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

وَقَوۡمَ نُوحٖ مِّن قَبۡلُۖ إِنَّهُمۡ كَانُواْ قَوۡمٗا فَٰسِقِينَ ٤٦

47. N'ijuru ryegereye isi, Twarariremye maze Turaritunganya, kugira riyibere igisenge kiyikingira, kandi mu vy'ukuri Turanaryagura;

وَٱلسَّمَآءَ بَنَيۡنَٰهَا بِأَيۡيْدٖ وَإِنَّا لَمُوسِعُونَ ٤٧

48. N'isi, Twarayigize nk'isaso kugira ibiremwa biyitururekо, ni Twebwe rero Abeza b'abasasa.

وَٱلۡأَرۡضَ فَرَشۡنَٰهَا فَنِعۡمَ ٱلۡمَٰهِدُونَ ٤٨

49. No mu bwoko bw'ibiremwa vyose, Twaremye bibiribibiri bitandukanye mu ndemo; nk'igitsina-gabo n'igitsina-gore, kugira mwibuke ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah, muheze mwikebuke.

وَمِن كُلِّ شَيۡءٍ خَلَقۡنَا زَوۡجَيۡنِ لَعَلَّكُمۡ تَذَكَّرُونَ ٤٩

50. Bantu! Enda rero nyabuna nimuhungire ibihano vy'Imana Allah, mu kwirukira ku mpuhwe zayo, maze mwemere mwongere mugamburukire Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo. Mu vy'ukuri jewe kuri mwebwe, ndi Umugabisha ku bihano vyayo, atomora amabwirizwa yayo[1].

فَفِرُّوٓاْ إِلَى ٱللَّهِۖ إِنِّي لَكُم مِّنۡهُ نَذِيرٞ مُّبِينٞ ٥٠

51. Ntimukanabangikanye Imana Allah mu vyo mukora vyose mu kuyisenga n'iyindi mana. Mu vy'ukuri jewe kuri mwebwe, ndi Umugabisha ku bihano vyayo, atomora amabwirizwa yayo.

وَلَا تَجۡعَلُواْ مَعَ ٱللَّهِ إِلَٰهًا ءَاخَرَۖ إِنِّي لَكُم مِّنۡهُ نَذِيرٞ مُّبِينٞ ٥١

52. Nk'uko rero Abakorayishi bahakanye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bakavuga bati: "Muhamadi, ni umwivuzi w'amazina, canke umurozi, canke umukehabwenge"; ni ko n'imigwi y'abantu bo hambere yabo yabigenjeje, ntiyigeze irungikirwa Intumwa n'imwe, kiretse ko yavuga nk'ukwo nyene, bituma Tuyihana.

كَذَٰلِكَ مَآ أَتَى ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِهِم مِّن رَّسُولٍ إِلَّا قَالُواْ سَاحِرٌ أَوۡ مَجۡنُونٌ ٥٢

53. Mbega yemwe! Abo hambere, boba basigiye abo mu nyuma zabo iragi ryo guhakana Intumwa muri ubwo buryo nyene! Ahubwo rero mbere, bo ni abantu biganza bakagarariza, bagahuza umutima w'ubugarariji n'akagagazo, gutyo bagasusa no mu buryo bwo kugarariza.

أَتَوَاصَوۡاْ بِهِۦۚ بَلۡ هُمۡ قَوۡمٞ طَاغُونَ ٥٣

54. Ntumwa y'Imana! Irengagize ababangikanyamana mu kurindira itegeko riberekeye, nta n'uwogutako imiragwe kuko wamaze gushikana ubutumwa;

فَتَوَلَّ عَنۡهُمۡ فَمَآ أَنتَ بِمَلُومٖ ٥٤

55. Hamwe n'ivyo rero, shishikara irarikiramana wibutsa abo warungitsweko, mu vy'ukuri ukwibutswa kuragirira akamaro abemeramana, na kare ngo uwukebura uwiwe agumizako.

وَذَكِّرۡ فَإِنَّ ٱلذِّكۡرَىٰ تَنفَعُ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ ٥٥

56. Jewe Allah, sinaremye Amajini n'abantu Nkabarungikira n'Intumwa, atari ukugira banyiyegereze mu vyo bakora vyose banansenge

وَمَا خَلَقۡتُ ٱلۡجِنَّ وَٱلۡإِنسَ إِلَّا لِيَعۡبُدُونِ ٥٦

[1] Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iyo hagize ikiyigora, yaca iremururira umushaha wayo kw'isengesho, ubwo bukaba ari uburyo bumwe mu buryo bwo guhungira ku Mana Allah.

batambangikanya na kimwe mu biremwa;

57. Nta bimbeshaho ndabashakako, eka mbere nta n'imfungurwa Ndabasavye, kuko ni Jewe Mubeshaho w'ibiremwa, Nyenugutanga.

مَآ أُرِيدُ مِنْهُم مِّن رِّزْقٍ وَمَآ أُرِيدُ أَن يُطْعِمُونِ ﴿٥٧﴾

58. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Rutunga Ibeshejeho ibiremwa vyose, Nyeninguvu, Mutananirwa.

إِنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلرَّزَّاقُ ذُو ٱلْقُوَّةِ ٱلْمَتِينُ ﴿٥٨﴾

59. Mu vy'ukuri, abirenganije mu guhakana Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), baragenewe umugabane w'ibihano; nk'uwagenewe bagenzi babo bahakanye hambere yabo, ntibihutire rero gusaba guhanwa, kuko bitebe bitebuke, bategerezwa guhanwa.

فَإِنَّ لِلَّذِينَ ظَلَمُواْ ذَنُوبًا مِّثْلَ ذَنُوبِ أَصْحَٰبِهِمْ فَلَا يَسْتَعْجِلُونِ ﴿٥٩﴾

60. Uguhanwa nya guhanwa rero, ni ukw'abagararije Imana Allah n'Intumwa yayo, bakazohanwa kuri wa musi wabo w'izuka basezeranirwa ko bazohanwa.

فَوَيْلٌ لِّلَّذِينَ كَفَرُواْ مِن يَوْمِهِمُ ٱلَّذِى يُوعَدُونَ ﴿٦٠﴾

52. At-Twuur (Umusozi wa Twuuri Sinayi)
Aayah 49, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye ku musozi wa Twuuri Sinayi, ari na wo Navuganiyeko na Musa ukuri kwamye;

وَٱلطُّورِ ﴿١﴾

2. No ku Gitabu ca Qor'ani canditswe;

وَكِتَٰبٍ مَّسْطُورٍ ﴿٢﴾

3. No ku Mizingo ihinguwe mu rusato, yuguruye;

فِى رَقٍّ مَّنشُورٍ ﴿٣﴾

4. No ku ngoro iri mw'ijuru ryegereye isi, irimwo abamalayika bama bariko barayikikura ku mwanya ku mwanya;

وَٱلْبَيْتِ ٱلْمَعْمُورِ ﴿٤﴾

5. No kw'ijuru ryegereye isi, rikaba ari na co gisenge cayo;

وَٱلسَّقْفِ ٱلْمَرْفُوعِ ﴿٥﴾

6. No kw'ibahari rizodomekwa rikarurumba ku musi w'umuhero w'isi;

وَٱلْبَحْرِ ٱلْمَسْجُورِ ﴿٦﴾

7. Ko mu vy'ukuri ibihano vy'Imana yawe Rurema ga Ntumwa y'Imana, bitegerezwa gushikira abagarariji;

إِنَّ عَذَابَ رَبِّكَ لَوَاقِعٌ ﴿٧﴾

8. Nta n'uwuzobuza ko nya bihano bibashikira;

مَّا لَهُۥ مِن دَافِعٍ ﴿٨﴾

9. Ku musi ijuru ryasenyutse rigacika ubunywenywe;

يَوْمَ تَمُورُ ٱلسَّمَآءُ مَوْرًا ﴿٩﴾

10. Imisozi na yo igakurwaho, maze ikagenda nka kurya ubona ibicu bigenda!

وَتَسِيرُ ٱلْجِبَالُ سَيْرًا ﴿١٠﴾

11. Uguhanwa nya guhanwa kuri uwo musi, ni ukw'abahakana ukuri bivuye inyuma;

فَوَيْلٌ يَوْمَئِذٍ لِّلْمُكَذِّبِينَ ﴿١١﴾

12. Barya bishinga gufyinata mu gutebura kw'idini;

ٱلَّذِينَ هُمْ فِى خَوْضٍ يَلْعَبُونَ ﴿١٢﴾

13. Umusi rero, abahakanyi basunikiwe mu muriro wa Jahannamu ukuri kwo gusunikirwayo;

يَوْمَ يُدَعُّونَ إِلَىٰ نَارِ جَهَنَّمَ دَعًّا ﴿١٣﴾

14. Bazobwirwa n'agashinyaguro n'akantu bati: "Ng'uwo wa muriro mwahora muhakana ko utabaho;

هَٰذِهِ ٱلنَّارُ ٱلَّتِي كُنتُم بِهَا تُكَذِّبُونَ ﴿١٤﴾

15. Mbega none ibi bihano murimwo, ni uburozi canke nta vyo mubona!

أَفَسِحْرٌ هَٰذَآ أَمْ أَنتُمْ لَا تُبْصِرُونَ ﴿١٥﴾

16. Nimuwinjire muwote rero; mwihangana mutihangana, vyose ni kimwe, ntimurota mutezurirwa mu bihano. Ni ukuri, muhemberwa ivyo mwari mwarakoze kw'isi".

ٱصْلَوْهَا فَٱصْبِرُوٓاْ أَوْ لَا تَصْبِرُواْ سَوَآءٌ عَلَيْكُمْۖ إِنَّمَا تُجْزَوْنَ مَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿١٦﴾

17. Mu vy'ukuri abagamburukiramana, bazoba bari mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, bari no mu nema zihambaye;

إِنَّ ٱلْمُتَّقِينَ فِي جَنَّٰتٍ وَنَعِيمٍ ﴿١٧﴾

18. Akamwemwe kabasya, baryohewe n'inema z'ubwoko bwose bahawe n'Imana yabo Rurema Allah, kandi Imana yabo Rurema Allah Izonabakingira ibihano vy'umuriro ururumba wa Jahannamu;

فَٰكِهِينَ بِمَآ ءَاتَىٰهُمْ رَبُّهُمْ وَوَقَىٰهُمْ رَبُّهُمْ عَذَابَ ٱلْجَحِيمِ ﴿١٨﴾

19. Maze babwirwe bati: "Nimurye mwongere munywe n'akayabagu kenshi, burya muhembewe ibikorwa vyiza mwari mwarakoze kw'isi".

كُلُواْ وَٱشْرَبُواْ هَنِيٓـًٔا بِمَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿١٩﴾

20. Bazoba rero bicaye ku bitanda bisharije bitondetse neza. Tuzonabatera iteka Tubashingire abakenyezi bo mu Bwami bw'ijuru, barangwa n'ubwiza bw'akataraboneka (Hururayini).

مُتَّكِـِٔينَ عَلَىٰ سُرُرٍ مَّصْفُوفَةٍۖ وَزَوَّجْنَٰهُم بِحُورٍ عِينٍ ﴿٢٠﴾

21. Na barya bemeye, maze n'uruvyaro rwabo rukabakurikira mu kwemera, Tuzobakurikiza uruvyaro rwabo mu Bwami bw'ijuru, n'aho batazoba bari ku rugezo rw'ibikorwa vyabo, kandi ntituzogabanya na kimwe ku ndishi y'ivyo bakoze. Burya umuntu wese azofatirwa ku vyo yakoze, nta wuzohanirwa icaha c'uwundi.

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَٱتَّبَعَتْهُمْ ذُرِّيَّتُهُم بِإِيمَٰنٍ أَلْحَقْنَا بِهِمْ ذُرِّيَّتَهُمْ وَمَآ أَلَتْنَٰهُم مِّنْ عَمَلِهِم مِّن شَىْءٍۚ كُلُّ ٱمْرِيٕۭ بِمَا كَسَبَ رَهِينٌ ﴿٢١﴾

22. Hejuru y'inema bazoba barimwo, Tuzobaha ivyamwa n'inyama bitera akayabagu, kuko biri mu bintu bikundwa cane;

وَأَمْدَدْنَٰهُم بِفَٰكِهَةٍ وَلَحْمٍ مِّمَّا يَشْتَهُونَ ﴿٢٢﴾

23. Tuzobaha n'umwuhiro w'inzoga zitaboreza, ibirahuri vy'inzoga bikurakuranwa, bahererekanya hagati yabo mu Bwami bw'ijuru; nya nzoga, nta ho zisa zisana n'izo kw'isi ziyayura umutwe, umuntu agatangura kudedemba avuga ayamuhe yitonganya;

يَتَنَٰزَعُونَ فِيهَا كَأْسًا لَّا لَغْوٌ فِيهَا وَلَا تَأْثِيمٌ ﴿٢٣﴾

24. Bazoba bakikijwe n'imisore myiza, ikurakuranwa mu kubazimana; uyibonye, ku bwiza bwayo wogira ngo ni

۞وَيَطُوفُ عَلَيْهِمْ غِلْمَانٌ لَّهُمْ كَأَنَّهُمْ لُؤْلُؤٌ مَّكْنُونٌ ﴿٢٤﴾

lulu[1] zikiri aho zaremewe, zitarakorwako n'iminwe y'abantu.

25. Abari mu Bwami bw'ijuru, bazobazanya hagati yabo, batera inkuru z'ubuzima babanyemwo n'abandi kw'isi;

وَأَقْبَلَ بَعْضُهُمْ عَلَىٰ بَعْضٍ يَتَسَآءَلُونَ ﴿٢٥﴾

26. Maze bavuge bati: "Mu vy'ukuri, mu buzima twabayeho mu bacu, aho hambere kw'isi, twaratinya Imana yacu Rurema Allah, tukamana impungenge ku bihano vyo ku musi w'izuka;

قَالُوٓاْ إِنَّا كُنَّا قَبْلُ فِيٓ أَهْلِنَا مُشْفِقِينَ ﴿٢٦﴾

27. Maze Imana Allah Itugirira ubuntu, Iturongora mu nzira yayo, Iraheza Idukingira n'ibihano vy'umwokero wa Jahannamu;

فَمَنَّ ٱللَّهُ عَلَيْنَا وَوَقَىٰنَا عَذَابَ ٱلسَّمُومِ ﴿٢٧﴾

28. Mu vy'ukuri n'imbere y'ugukingirwa nya bihano, twahora dutakambira Imana Allah, mu kuyisaba tutayibangikanya, ko Yobidukingira. Mu vy'ukuri, ni Yo Mugiranezamurivyose, Nyenimbabazi ku batoni bayo".

إِنَّا كُنَّا مِن قَبْلُ نَدْعُوهُۖ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلْبَرُّ ٱلرَّحِيمُ ﴿٢٨﴾

29. Ntumwa y'Imana! Ibutsa rero abo warungitsweko ukoresheje Qor'ani, kuko guhabwa kwawe ubutumwa n'ubumenyi mw'idini, si vyo vyotuma witwa Senyagara avuga ivyo adafitiye ubumenyi, canke umusazi yakehewe n'ubwenge.

فَذَكِّرْ فَمَآ أَنتَ بِنِعْمَتِ رَبِّكَ بِكَاهِنٍ وَلَا مَجْنُونٍ ﴿٢٩﴾

30. Canke ababangikanyamana boba bavuga bati: "Uwo Muhamadi mwumva, ni umwivuzi w'amazina, tumuteze imisi, mureke urupfu ruramubona!"

أَمْ يَقُولُونَ شَاعِرٌ نَّتَرَبَّصُ بِهِۦ رَيْبَ ٱلْمَنُونِ ﴿٣٠﴾

31. Ntumwa y'Imana! Bishure uti: "Nimurindire urupfu rwanje, nanje mu vy'ukuri ndacarindiriye hamwe na mwe ibihano muzohabwa".

قُلْ تَرَبَّصُواْ فَإِنِّي مَعَكُم مِّنَ ٱلْمُتَرَبِّصِينَ ﴿٣١﴾

32. Ahubwo rero, burya ubwenge bw'ababangikanyamana, bwoba bubategeka kuvuga ijambo ry'igarariza nk'iryo, mu gihe bitarigera bishika ko umuntu yoba senyagara, akaba umwivuzi w'amazina, akaba n'umusazi mu mwanya umwe! Ahubwo rero bo, ni abantu bimonogoje mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

أَمْ تَأْمُرُهُمْ أَحْلَٰمُهُم بِهَٰذَآ أَمْ هُمْ قَوْمٌ طَاغُونَ ﴿٣٢﴾

33. Ahubwo none, ababangikanyamana boba bavuga ko Muhamadi yarementanije Qor'ani! Ahubwo rero bo, ntibemera namba.

أَمْ يَقُولُونَ تَقَوَّلَهُۥۚ بَل لَّا يُؤْمِنُونَ ﴿٣٣﴾

34. Nivyaba biri nk'ukwo babivuga, nibazane rero amajambo arementanije nka Qor'ani, nibaba ari imvugakuri ko Muhamadi yarementanije Qor'ani.

فَلْيَأْتُواْ بِحَدِيثٍ مِّثْلِهِۦٓ إِن كَانُواْ صَٰدِقِينَ ﴿٣٤﴾

35. Mbega ababangikanyamana, boba baremwe n'ubusa ata cabaremye! Canke boba bariremye! Usangwa bataremwe n'ubusa canke ngo bireme, nibamenye rero ko

أَمْ خُلِقُواْ مِنْ غَيْرِ شَيْءٍ أَمْ هُمُ ٱلْخَٰلِقُونَ ﴿٣٥﴾

[1] Lulu, ni ubwoko bw'ubutare bwiburungushuye, bucukurwa mw'ibahari, bukaba buboneka mu binyabuzima biba musi yayo, bukagira amabara atandukanye; nk'ibara ryera, iryirabura, n'ayandi. Ni ubutare buzimvye cane.

Imana Allah ari Yo Yabaremye, n'uko ari Yo rero, Ikwiye gusengwa Itabangikanywa.

36. Canke boba bararemye amajuru n'isi muri ubu buryo buhimbaye! Ahubwo rero, ntibemera namba ko bazohanwa.

أَمْ خَلَقُوا۟ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ ۚ بَل لَّا يُوقِنُونَ ﴿٣٦﴾

37. Canke boba bajejwe ibigega vy'Imana yawe Rurema Allah! Canke boba baganza ibiremwa vy'Imana Allah! Ahubwo rero bo, nta n'ico bishoboje.

أَمْ عِندَهُمْ خَزَآئِنُ رَبِّكَ أَمْ هُمُ ٱلْمُصَيْطِرُونَ ﴿٣٧﴾

38. Canke boba bafise ingazi burirako ngo bumvirize ihishurwa ry'Imana Allah ko bari mu kuri! Nivyaba biri nk'ukwo babivuga rero, uwavyumvise muri bo, enda rero nyabuna nazane icemeza kigaragara cemeza ko bari mu kuri.

أَمْ لَهُمْ سُلَّمٌ يَسْتَمِعُونَ فِيهِ ۖ فَلْيَأْتِ مُسْتَمِعُهُم بِسُلْطَٰنٍ مُّبِينٍ ﴿٣٨﴾

39. Mbega none, Imana Allah Yarigeneye abana b'abakobwa, Iraheza na mwe Ibagenera abana b'abahungu nk'uko muvyibwira mwihenda!

أَمْ لَهُ ٱلْبَنَٰتُ وَلَكُمُ ٱلْبَنُونَ ﴿٣٩﴾

40. Ntumwa y'Imana! Ahubwo rero, woba usaba ababangikanyamana impembo kw'irarikiramana ryawe, bigatuma batakwumvira ku kuremerwa n'iyo mpembo ubasaba!

أَمْ تَسْـَٔلُهُمْ أَجْرًا فَهُم مِّن مَّغْرَمٍ مُّثْقَلُونَ ﴿٤٠﴾

41. Canke boba bafise ubumenyi bw'ibinyegejwe ibiremwa, baheza bakabwandika babushikiriza abantu! Baranguha, ubwo bumenyi bw'ibinyegejwe ibiremwa ni ubw'Imana Allah gusa.

أَمْ عِندَهُمُ ٱلْغَيْبُ فَهُمْ يَكْتُبُونَ ﴿٤١﴾

42. Ahubwo bashaka gukoresha urwenge ngo bagirire nabi Intumwa n'abemeramana. Nibamenye rero, ko Imana Allah Izohinyura urwenge rw'abagararije, maze inabi babipfuriza igaruke kuri bo nyene, na kare ngo urucira mukaso rugatwara nyoko.

أَمْ يُرِيدُونَ كَيْدًا ۖ فَٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ هُمُ ٱلْمَكِيدُونَ ﴿٤٢﴾

43. Canke boba bafise iyindi mana ikwiye gusengwa atari Imana Allah! Nihaninahazwe rero Imana Allah mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayibangikanya.

أَمْ لَهُمْ إِلَٰهٌ غَيْرُ ٱللَّهِ ۚ سُبْحَٰنَ ٱللَّهِ عَمَّا يُشْرِكُونَ ﴿٤٣﴾

44. Ababangikanyamana no mu gihe bobona igihande c'ijuru kibaguyeko, ntiboretse guhakana, bovuze bati: "Ivyo, ni ibicu gusa vyiyegeranije".

وَإِن يَرَوْا۟ كِسْفًا مِّنَ ٱلسَّمَآءِ سَاقِطًا يَقُولُوا۟ سَحَابٌ مَّرْكُومٌ ﴿٤٤﴾

45. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana, bareke barendegere gushika igihe bahuye n'umusi wabo w'izuka bazohanirwako;

فَذَرْهُمْ حَتَّىٰ يُلَٰقُوا۟ يَوْمَهُمُ ٱلَّذِى فِيهِ يُصْعَقُونَ ﴿٤٥﴾

46. Umusi urwenge rwabo ata na kimwe ruzobamarira mu gihe bazoba bari mu bihano vy'Imana Allah; eka mbere bobo, ntibazoronka n'uwubatabara ngo abibakuremwo.

يَوْمَ لَا يُغْنِى عَنْهُمْ كَيْدُهُمْ شَيْـًٔا وَلَا هُمْ يُنصَرُونَ ﴿٤٦﴾

47. Mu vy'ukuri, abirenganije mu guhakana, barategekanirijwe n'ibihano mu buzima bwo kw'isi[1], ariko rero abenshi muri bo nta vyo bazi.

وَإِنَّ لِلَّذِينَ ظَلَمُواْ عَذَابًا دُونَ ذَٰلِكَ وَلَٰكِنَّ أَكۡثَرَهُمۡ لَا يَعۡلَمُونَ ٤٧

48. Ntumwa y'Imana! Ihanganire rero ishikirizabutumwa ku bw'Imana Allah, maze wihanganire n'ibangamira ry'abaguhakana; mu vy'ukuri wewe, Tugushinze ijisho nta kigukorako urakingiwe, uheze uninahaze n'Imana yawe Rurema Allah mu kuyishimagiza mu gihe ugiye gusenga no mu gihe uvyutse;

وَٱصۡبِرۡ لِحُكۡمِ رَبِّكَ فَإِنَّكَ بِأَعۡيُنِنَاۖ وَسَبِّحۡ بِحَمۡدِ رَبِّكَ حِينَ تَقُومُ ٤٨

49. Uheze rero no mw'ijoro uyininahaze mu kuyishimagiza mw'isengesho, wongere ugire nk'ukwo nyene mu mutwenzi igihe c'irenga ry'inyenyeri.

وَمِنَ ٱلَّيۡلِ فَسَبِّحۡهُ وَإِدۡبَٰرَ ٱلنُّجُومِ ٤٩

53. An-Najm (Inyenyeri)
Aayah 62, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye ku nyenyeri iyo zirenze;

وَٱلنَّجۡمِ إِذَا هَوَىٰ ١

2. Ko umugenzi wanyu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), atigeze ahuba namba inzira y'ukuri;

مَا ضَلَّ صَاحِبُكُمۡ وَمَا غَوَىٰ ٢

3. Kandi ntavuga yisunze ivyipfuzo vyiwe;

وَمَا يَنطِقُ عَنِ ٱلۡهَوَىٰٓ ٣

4. Qor'ani n'imigenzo yiwe, si ikindi kiretse ko ari ihishurwa yahishuriwe n'Imana Allah.

إِنۡ هُوَ إِلَّا وَحۡيٞ يُوحَىٰ ٤

5. Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yigishijwe n'umumalayika Jibrili arangwa n'inguvu nta ngere;

عَلَّمَهُۥ شَدِيدُ ٱلۡقُوَىٰ ٥

6. Afise n'indemo nziza ibereye ijisho igihe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), amubona ukuri kwamye;

ذُو مِرَّةٖ فَٱسۡتَوَىٰ ٦

7. Ari mu kirere hejuru ku rugero rw'aho izuba riserukira;

وَهُوَ بِٱلۡأُفُقِ ٱلۡأَعۡلَىٰ ٧

8. Hanyuma rero, ni ho umumalayika Jibrili yegera aho Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iri, maze arasubira arayegera hafi cane;

ثُمَّ دَنَا فَتَدَلَّىٰ ٨

9. Gushika n'aho aba hafi yayo nka kurya kw'amasonga abiri y'umuheto canke mbere hafi cane kurusha (nka kurya kw'umunwa n'izuru);

فَكَانَ قَابَ قَوۡسَيۡنِ أَوۡ أَدۡنَىٰ ٩

10. Aho rero, ni ho Imana Allah Yahishurira Umuja wayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivyo Yamuhishuriye Ibicishije ku mumalayika Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah);

فَأَوۡحَىٰٓ إِلَىٰ عَبۡدِهِۦ مَآ أَوۡحَىٰ ١٠

[1] Nko kwicwa, kugirwa imbohe hamwe rero no guhanirwa mu mva, n'ibindi.

11. Umushaha wa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), eka ntiwigeze uhinyuza ico yiboneye n'amaso yiwe.

مَا كَذَبَ ٱلْفُؤَادُ مَا رَأَىٰٓ ﴿١١﴾

12. Mbega mubeshuza Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), mukamuhaririza ku vyo abona mu vyemezo vy'Imana Allah!

أَفَتُمَٰرُونَهُۥ عَلَىٰ مَا يَرَىٰ ﴿١٢﴾

13. Ni ukuri, yarabonye umumalayika Jibrili ubugira kabiri ukuri kwamye;

وَلَقَدْ رَءَاهُ نَزْلَةً أُخْرَىٰ ﴿١٣﴾

14. Ahari igiti ca Sidri mw'ijuru ry'indwi, akaba ari na ho ibiduzwa biva kw'isi n'ibimanuka biva hejuru biherera;

عِندَ سِدْرَةِ ٱلْمُنتَهَىٰ ﴿١٤﴾

15. Aho ni ho hari Ubwami bw'ijuru bwasezeraniwe abagamburukiramana;

عِندَهَا جَنَّةُ ٱلْمَأْوَىٰٓ ﴿١٥﴾

16. Igihe ico giti ca Sidri kibonekeyemwo ivyerekana ububasha buhambaye bw'Imana Allah, ata n'umwe ashobora kumenya ukungene buteye atari Imana Allah gusa;

إِذْ يَغْشَى ٱلسِّدْرَةَ مَا يَغْشَىٰ ﴿١٦﴾

17. Muri ico gihe, Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaranzwe n'ubugamburutsi nya bwo, ntiyigeze akebaguzwa iburyo canke ibubamfu, ntiyanarengereye kuraba ivyo atarekuriwe;

مَا زَاغَ ٱلْبَصَرُ وَمَا طَغَىٰ ﴿١٧﴾

18. Ni ukuri mw'ijoro ryo kuduzwa mw'ijuru, yarabonye Aayah n'ivyemezo bikurubikuru vy'Imana yiwe Rurema Allah, vyerekana ububasha n'ubushobozi vyayo; nk'Ubwami bw'ijuru, umuriro, n'ibindi.

لَقَدْ رَأَىٰ مِنْ ءَايَٰتِ رَبِّهِ ٱلْكُبْرَىٰٓ ﴿١٨﴾

19. Babangikanyamana! Murabona imana zanyu musenga; Laata na Uzzaa;

أَفَرَءَيْتُمُ ٱللَّٰتَ وَٱلْعُزَّىٰ ﴿١٩﴾

20. Hamwe na Manaata igira gatatu, mbega zoba hari ico zimaze canke zica ku buryo zobangikanywa n'Imana Allah!

وَمَنَوٰةَ ٱلثَّالِثَةَ ٱلْأُخْرَىٰٓ ﴿٢٠﴾

21. Bishoboka gute ko mwigenera umwana w'umuhungu ku rukundo mufitiye abahungu, mukubahuka kwomekera umwana w'umukobwa ku Mana Allah, mu vyo mwibwira ku rwanko gusa mufitiye abakobwa!

أَلَكُمُ ٱلذَّكَرُ وَلَهُ ٱلْأُنثَىٰ ﴿٢١﴾

22. Iryo rero, ni ryo gaburwa ry'akarenganyo koko.

تِلْكَ إِذًا قِسْمَةٌ ضِيزَىٰٓ ﴿٢٢﴾

23. Ivyo bigirwamana, si ikindi kiretse ko ari amazina mwapfundikanije muraramentanya mwebwe hamwe na ba so banyu. Nta n'aho Imana Allah, Yigeze Imanura n'icemezo na kimwe cemeza ivyo mwibwira. Ababangikanyamana rero, nta co bakurikira kiretse ugukekeranya hamwe n'ivyipfuzo vyabo. Ni ukuri, barashikiriwe n'uburongozi buvuye ku Mana yabo Rurema Allah, Yaburungikanye Intumwa Muhamadi (nyakugira

إِنْ هِىَ إِلَّآ أَسْمَآءٌ سَمَّيْتُمُوهَآ أَنتُمْ وَءَابَآؤُكُم مَّآ أَنزَلَ ٱللَّهُ بِهَا مِن سُلْطَٰنٍ ۚ إِن يَتَّبِعُونَ إِلَّا ٱلظَّنَّ وَمَا تَهْوَى ٱلْأَنفُسُ ۖ وَلَقَدْ جَآءَهُم مِّن رَّبِّهِمُ ٱلْهُدَىٰٓ ﴿٢٣﴾

amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), ariko nta co bwabamariye.

24. Umuntu, ntazoronka ivugirwa yipfuza kuri ivyo bigirwamana canke ku bindi;

أَمْ لِلْإِنسَٰنِ مَا تَمَنَّىٰ ﴿٢٤﴾

25. Imana Allah, ni Yo Nyeningingo yubahirizwa mu buzima bwo kw’isi no mu bw’inyuma yo gupfa.

فَلِلَّهِ ٱلْءَاخِرَةُ وَٱلْأُولَىٰ ﴿٢٥﴾

26. Hari benshi mu bamalayika bari mu majuru hamwe n’icubahiro bafise, ivugira ryabo ata na kimwe rizomara, kiretse inyuma y’aho Imana Allah Izorekurira uwo Ishatse muri bo ngo hagire uwo avugiye, hanyuma Ikanishimira n’uwuvugiwe.

۞وَكَم مِّن مَّلَكٍ فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ لَا تُغْنِى شَفَٰعَتُهُمْ شَيْـًٔا إِلَّا مِنۢ بَعْدِ أَن يَأْذَنَ ٱللَّهُ لِمَن يَشَآءُ وَيَرْضَىٰٓ ﴿٢٦﴾

27. Mu vy’ukuri, abatemera ubuzima bw’inyuma yo gupfa ko bubaho ngo babwitegurire, ni ukuri, ku kwemera kwabo kw’ibintazi, bita abamalayika abakobwa kuko bibwira ko ari abana b’Imana Allah b’abakobwa;

إِنَّ ٱلَّذِينَ لَا يُؤْمِنُونَ بِٱلْءَاخِرَةِ لَيُسَمُّونَ ٱلْمَلَٰٓئِكَةَ تَسْمِيَةَ ٱلْأُنثَىٰ ﴿٢٧﴾

28. Nta n’ubumenyi bafise bwemeza ko abamalayika ari abakobwa b’Imana Allah; ntibanakurikira, kiretse ugukekeranya gusa, kandi rero burya mu vy’ukuri, ugukekeranya ntigusubirira ukuri na gato.

وَمَا لَهُم بِهِۦ مِنْ عِلْمٍ ۖ إِن يَتَّبِعُونَ إِلَّا ٱلظَّنَّ ۖ وَإِنَّ ٱلظَّنَّ لَا يُغْنِى مِنَ ٱلْحَقِّ شَيْـًٔا ﴿٢٨﴾

29. Ntumwa y’Imana! Irengagize ubirabishe amaso. Uwugenza umugongo yirengagiza urwibutso rwacu rwa Qor’ani, nta kindi arondera kiretse ubuzima bwo kw’isi;

فَأَعْرِضْ عَن مَّن تَوَلَّىٰ عَن ذِكْرِنَا وَلَمْ يُرِدْ إِلَّا ٱلْحَيَوٰةَ ٱلدُّنْيَا ﴿٢٩﴾

30. Aho ni ho ubumenyi bwabo bugera. Mu vy’ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Izi neza uwahuvye inzira y’ukuri, ni na Yo Izi neza kandi uwakurikiye inzira y’ubwislamu[1].

ذَٰلِكَ مَبْلَغُهُم مِّنَ ٱلْعِلْمِ ۚ إِنَّ رَبَّكَ هُوَ أَعْلَمُ بِمَن ضَلَّ عَن سَبِيلِهِۦ وَهُوَ أَعْلَمُ بِمَنِ ٱهْتَدَىٰ ﴿٣٠﴾

31. Imana Allah, ni na Yo rero Rugaba, Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n’ibiri mw’isi, kugira Ihanire abakoze nabi ku vyo bakoze, Iheze Ihembe abakoze neza Ubwami bw’ijuru;

وَلِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ لِيَجْزِىَ ٱلَّذِينَ أَسَٰٓـُٔوا۟ بِمَا عَمِلُوا۟ وَيَجْزِىَ ٱلَّذِينَ أَحْسَنُوا۟ بِٱلْحُسْنَى ﴿٣١﴾

32. Abirinda gukora ivyaha rutura be n’ibicumuro, kiretse ibicumuro bitobito bidakorwa n’ibigirankana canke bigakorwa gake kabaho, ivyo biraheza bigahunguruka mu gihe umuntu yubahirije amabwirizwa y’ibisabwa n’ibibujijwe gukora; mu vy’ukuri Imana yawe Rurema Allah, Iragumiriza akabanga umuntu Ikamubabarira ibicumuro, ni na Yo rero Izi cane ukuntu mubayeho kuva aho Iremeye so wanyu Adamu mw’ivu, n’igihe muba mukiri mu mbanyi z’abavyeyi banyu. Ntimukiyeze rero ko muri

ٱلَّذِينَ يَجْتَنِبُونَ كَبَٰٓئِرَ ٱلْإِثْمِ وَٱلْفَوَٰحِشَ إِلَّا ٱللَّمَمَ ۚ إِنَّ رَبَّكَ وَٰسِعُ ٱلْمَغْفِرَةِ ۚ هُوَ أَعْلَمُ بِكُمْ إِذْ أَنشَأَكُم مِّنَ ٱلْأَرْضِ وَإِذْ أَنتُمْ أَجِنَّةٌ فِى بُطُونِ أُمَّهَٰتِكُمْ ۖ فَلَا تُزَكُّوٓا۟ أَنفُسَكُمْ ۖ هُوَ أَعْلَمُ بِمَنِ ٱتَّقَىٰٓ ﴿٣٢﴾

[1] Muri iyi Aayah, Imana Allah Yihaniza ibigaba vyirengagiza kwubahiriza Igitabu cayo no kugendera imigenzo y’Intumwa yayo, maze bigahitamwo kwubahiriza ivyipfuzo vyavyo no guhurumbira ibihendamaso vy’isi ha guhurumbira ubuzima bw’inyuma yo gupfa.

abagamburutsi, burya Imana Allah, ni Yo Izi na canecane uwikingira ibihano vyayo mu kwirinda gukora ibibujijwe.	
33. Ntumwa y'Imana! Mbega warabonye uwugenza umugongo akirengagiza igamburukiramana!	أَفَرَءَيْتَ ٱلَّذِى تَوَلَّىٰ ﴿٣٣﴾
34. Maze agatanga dukeya mu matungo yiwe, hanyuma agateba agaheba gutanga n'utwo dukeya;	وَأَعْطَىٰ قَلِيلًا وَأَكْدَىٰٓ ﴿٣٤﴾
35. Mbega yoba azi mu binyegejwe ibiremwa, ko amatungo yiwe azoteba agahera n'aho yoheba gutanga, akazovyibonera n'amaso! Uko yiyumvira si ko biri. Ahubwo areka gutanga, kuko ari impfumbasi ruhebwa;	أَعِندَهُۥ عِلْمُ ٱلْغَيْبِ فَهُوَ يَرَىٰٓ ﴿٣٥﴾
36. Mbega ntiyabwiwe ibiri muri Tawurati ya Musa;	أَمْ لَمْ يُنَبَّأْ بِمَا فِى صُحُفِ مُوسَىٰ ﴿٣٦﴾
37. N'ibiri mu Mizingo ya Ibrahimu yubahirije ishirwa mu ngiro ry'ivyo yategetswe!	وَإِبْرَٰهِيمَ ٱلَّذِى وَفَّىٰٓ ﴿٣٧﴾
38. Ko ata muntu azohanirwa icaha ca mugenziwe, akazobazwa ku vyo yakoze ku gatwe kiwe;	أَلَّا تَزِرُ وَازِرَةٌ وِزْرَ أُخْرَىٰ ﴿٣٨﴾
39. N'uko umuntu atazohemberwa, kiretse ico yaranguye we nyene;	وَأَن لَّيْسَ لِلْإِنسَٰنِ إِلَّا مَا سَعَىٰ ﴿٣٩﴾
40. N'uko indishi y'ivyo yaranguye izoboneka mu buzima bw'inyuma yo gupfa;	وَأَنَّ سَعْيَهُۥ سَوْفَ يُرَىٰ ﴿٤٠﴾
41. Hanyuma akazohemberwa ivyo yaranguye ata kigabanijweko;	ثُمَّ يُجْزَىٰهُ ٱلْجَزَآءَ ٱلْأَوْفَىٰ ﴿٤١﴾
42. N'uko iherezo ry'ibiremwa vyose ku musi w'izuka, ari ku Mana yawe Rurema Allah;	وَأَنَّ إِلَىٰ رَبِّكَ ٱلْمُنتَهَىٰ ﴿٤٢﴾
43. N'uko Imana Allah ari Yo Ituma uwutwenga, atwenga iyo hagize ikimunezereye; Igatuma n'uwurira, arira iyo hagize ikimubabaza;	وَأَنَّهُۥ هُوَ أَضْحَكَ وَأَبْكَىٰ ﴿٤٣﴾
44. N'uko ari Yo Yaka ubuzima uwo Ishatse hageze gupfa, agapfa; Igaha n'ubuzima uwo Ishatse, akabaho;	وَأَنَّهُۥ هُوَ أَمَاتَ وَأَحْيَا ﴿٤٤﴾
45. N'uko Yaremye mu bantu no mu binyabuzima ibitsina bibiribibiri: igitsina-gabo n'igitsina-gore;	وَأَنَّهُۥ خَلَقَ ٱلزَّوْجَيْنِ ٱلذَّكَرَ وَٱلْأُنثَىٰ ﴿٤٥﴾
46. Ikabirema mu ntanga zisunitswe mu gitereko;	مِن نُّطْفَةٍ إِذَا تُمْنَىٰ ﴿٤٦﴾
47. N'uko Imana Allah Izosubiza kandi ubuzima ibiremwa, maze bikazuka ku musi w'izuka;	وَأَنَّ عَلَيْهِ ٱلنَّشْأَةَ ٱلْأُخْرَىٰ ﴿٤٧﴾
48. N'uko ari Yo Ikenura ibiremwa, maze bigatunga bigatunganirwa;	وَأَنَّهُۥ هُوَ أَغْنَىٰ وَأَقْنَىٰ ﴿٤٨﴾
49. N'uko ari Yo Rurema Yaremye inyenyeri yakaka[1];	وَأَنَّهُۥ هُوَ رَبُّ ٱلشِّعْرَىٰ ﴿٤٩﴾
50. N'uko ari Yo Yahoneje Bene Aadi barungikiwe Huudi;	وَأَنَّهُۥٓ أَهْلَكَ عَادًا ٱلْأُولَىٰ ﴿٥٠﴾
51. Ihonya na Bene Thamuudi barungikiwe Swalehe. Abo bose rero, Yabahonereje rimwe, nta n'igisanira casigaye;	وَثَمُودَا۟ فَمَآ أَبْقَىٰ ﴿٥١﴾

[1] Ni inyenyeri yakaka, Abarabu bahora basenga mu gishingo c'Imana Allah imbere y'irungikwa ry'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

52. Yahoneje n'abantu barungikiwe Nuhu hambere ya Bene Aadi na Bene Thamuudi. Mu vy'ukuri abo bose, bari n'abantu bimonogoje mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah kurusha abakurikiye mu nyuma.

وَقَوْمَ نُوحٍ مِّن قَبْلُ ۖ إِنَّهُمْ كَانُوا۟ هُمْ أَظْلَمَ وَأَطْغَىٰ ﴿٥٢﴾

53. N'abantu bo mu bisagara vyimonogoje mu bugaba rero, Imana Allah Yarabibubitseko, maze Ibafuririra mu kuzimu;

وَٱلْمُؤْتَفِكَةَ أَهْوَىٰ ﴿٥٣﴾

54. Iraheza Ibakurikiza n'amabuye y'urutavanako yahanantutse mu kirere nk'imvura.

فَغَشَّىٰهَا مَا غَشَّىٰ ﴿٥٤﴾

55. Muntu uhakana! None, ni iyihe nema mu nema z'Imana yawe Rurema Allah, ufiseko amakenga!

فَبِأَىِّ ءَالَآءِ رَبِّكَ تَتَمَارَىٰ ﴿٥٥﴾

56. Ng'uyu rero Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Umugabisha w'ukuri ku vyo n'Abavugishwamana bo hambere yiwe bagabishijeko abo barungitsweko. Ntabwo rero ari icaduka mu Ntumwa.

هَٰذَا نَذِيرٌ مِّنَ ٱلنُّذُرِ ٱلْأُولَىٰٓ ﴿٥٦﴾

57. Umuhero w'isi, vuba bwango ugiye gushika;

أَزِفَتِ ٱلْآزِفَةُ ﴿٥٧﴾

58. Nta wushobora kubuza canke ngo amenye isango uzoshikirako atari Imana Allah.

لَيْسَ لَهَا مِن دُونِ ٱللَّهِ كَاشِفَةٌ ﴿٥٨﴾

59. Babangikanyamana! Mbega mutangazwa n'uko iyi Qor'ani yoba koko ari ukuri;

أَفَمِنْ هَٰذَا ٱلْحَدِيثِ تَعْجَبُونَ ﴿٥٩﴾

60. Mukanatwenga muyiteburako, ha kurira kw'igabishwa ririmwo ku bihano bibarindiriye;

وَتَضْحَكُونَ وَلَا تَبْكُونَ ﴿٦٠﴾

61. Mukabandanya mufyinata munayirengagiza!

وَأَنتُمْ سَٰمِدُونَ ﴿٦١﴾

62. Enda rero nyabuna nimwubamire Imana Allah mu gushira uruhanga hasi, mweze n'ivyo mukora vyose mu kuyiyegereza ku bwayo[1].

فَٱسْجُدُوا۟ لِلَّهِ وَٱعْبُدُوا۟ ﴿٦٢﴾

54. Al-Qamar (Ukwezi)
Aayah 55, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Umuhero w'isi, vuba bwango ugiye gushika, n'ukwezi kwigabuyemwo kubiri[2];

ٱقْتَرَبَتِ ٱلسَّاعَةُ وَٱنشَقَّ ٱلْقَمَرُ ﴿١﴾

2. N'iyo ababangikanyamana babonye igitangaro cerekana ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ari Intumwa y'ukuri, barirengagiza kumwemera bakamwamirira kure, bakavuga bahakana bati: "Ico gitangaro, ni uburozi butamara kabiri";

وَإِن يَرَوْا۟ ءَايَةً يُعْرِضُوا۟ وَيَقُولُوا۟ سِحْرٌ مُّسْتَمِرٌّ ﴿٢﴾

[1] Iyo uhejeje gusoma iyi Aayah ugashika ku mpera, uca wubamira Imana Allah.
[2] Abagarariji b'i Makka, barasavye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko yobereka igitangaro cotuma bayemera, ica isaba Imana Allah ko Yokibereka, Imana Allah Ica Ibereka ukwezi kwigabuyemwo kubiri ukuri kwamye, maze baravyibonera n'amaso.

3. Barahakanye bivuye inyuma Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), maze bakurikira ubuhuvyi ku vyipfuzo vyabo. Uguhembwa ineza canke inabi ku vyakozwe n'ibiremwa rero, bitegerezwa kuba ku musi w'izuka, nta gisivya.

وَكَذَّبُواْ وَٱتَّبَعُوٓاْ أَهۡوَآءَهُمۡۚ وَكُلُّ أَمۡرٖ مُّسۡتَقِرّٞ ٣

4. Abagarariji b'Abakorayishi, ni ukuri barashikiriwe n'inkuru z'ivyashikiye abigeze kugarariza Intumwa, maze ibashikira mu buryo bukwiye kandi butomoye kugira bavavanure n'igarariza.

وَلَقَدۡ جَآءَهُم مِّنَ ٱلۡأَنۢبَآءِ مَا فِيهِ مُزۡدَجَرٌ ٤

5. Iyi Qor'ani yabashikiriye, irimwo imvo n'imvano y'ingingo n'amabwirizwa vyotuma batumbera ukuri. None ni irihe gabishwa ryogira ico rimariye abantu birengagije bakamirira kure Qor'ani!

حِكۡمَةُۢ بَٰلِغَةٞۖ فَمَا تُغۡنِ ٱلنُّذُرُ ٥

6. Ntumwa y'Imana! Birengagize maze ubarabishe amaso. Bihoze, ubarindire, ubategе umusi umuraritsi yavugije inzamba ararikira ibiremwa kuja ku kintu gihambaye koko, na co si ikindi, ni uguharurirwa ivyo vyakoze;

فَتَوَلَّ عَنۡهُمۡۘ يَوۡمَ يَدۡعُ ٱلدَّاعِ إِلَىٰ شَيۡءٖ نُّكُرٍ ٦

7. Umusi, amaso yavyo azoba araba hasi ku guteterwa, bigayitse, bisokoroka biva mu kuzimu nka kurya kw'inzige zaraze zigashwiragirika zigakwira hose;

خُشَّعًا أَبۡصَٰرُهُمۡ يَخۡرُجُونَ مِنَ ٱلۡأَجۡدَاثِ كَأَنَّهُمۡ جَرَادٞ مُّنتَشِرٞ ٧

8. Maze bigende binyaragasa ku co nya muraritsi abirarikiye, abagarariji bace bavuga bati: "Uwu musi ku ntureka zawo, uraremereye pe!".

مُّهۡطِعِينَ إِلَى ٱلدَّاعِۖ يَقُولُ ٱلۡكَٰفِرُونَ هَٰذَا يَوۡمٌ عَسِرٞ ٨

9. Ntumwa y'Imana! Aho hambere yabo, haragararije abantu ba Nuhu, baraheza barahakana bivuye inyuma Umuja wacu Nuhu, maze barinamura bavuga bati: "Nuhu, ni umusazi yakehewe n'ubwenge!"; baraheza baramwihaniza bamutega imisi.

۞ كَذَّبَتۡ قَبۡلَهُمۡ قَوۡمُ نُوحٖ فَكَذَّبُواْ عَبۡدَنَا وَقَالُواْ مَجۡنُونٞ وَٱزۡدُجِرَ ٩

10. Nuhu aca arasaba Imana yiwe Rurema Allah ati: "Jewe mu vy'ukuri, narengewe no guhangana na bo, ndagusavye rero ko Untabara mu kubahana";

فَدَعَا رَبَّهُۥٓ أَنِّي مَغۡلُوبٞ فَٱنتَصِرۡ ١٠

11. Duca Turamwumvira, maze Twugurura imihora y'amazi azanana mu kirere;

فَفَتَحۡنَآ أَبۡوَٰبَ ٱلسَّمَآءِ بِمَآءٖ مُّنۡهَمِرٖ ١١

12. Duca n'amariba y'amazi, imbizi idudubiza iva mu kuzimu, gutyo amazi azananye mu kirere ahurirana n'ay'imbizi, baca bahonera rimwe nk'uko vyari vyagezwe n'Imana Allah, baba akayazwe.

وَفَجَّرۡنَا ٱلۡأَرۡضَ عُيُونٗا فَٱلۡتَقَى ٱلۡمَآءُ عَلَىٰٓ أَمۡرٖ قَدۡ قُدِرَ ١٢

13. Ni ho rero Twarerura Nuhu hamwe n'abo bari kumwe mu bwato buhinguwe mu mbaho n'imisumari;

وَحَمَلۡنَٰهُ عَلَىٰ ذَاتِ أَلۡوَٰحٖ وَدُسُرٖ ١٣

14. Bugenda bureremba aho Tubona n'amaso yacu, bucungerewe, gutyo Turokora Nuhu n'abari kumwe na we; abagarariji na bo Tubahonesha isegenya ry'akataraboneka, ku kubera ubugarariji bwabo.

تَجۡرِي بِأَعۡيُنِنَا جَزَآءٗ لِّمَن كَانَ كُفِرَ ١٤

15. Ni ukuri, Twazigamye inkuru y'ivyashikiye Nuhu n'abantu biwe, kugira ibere abakurikiye mu nyuma, inkebuzo n'icemezo c'ubushobozi bwacu mu guhana ibigaba, ku wushaka kwibuka akikebuka. Mbega none, hoba hari uwibuka ngo yikebuke!

وَلَقَد تَّرَكْنَٰهَآ ءَايَةً فَهَلْ مِن مُّدَّكِرٍ ﴿١٥﴾

16. Ehe raba rero ukuntu Nahanye abangararije bagahakana bivuye inyuma Intumwa zanje. Mbega none, ukubagabisha ku bihano vyanje, hari ico kwabashikanyeko atari uguhona!

فَكَيْفَ كَانَ عَذَابِى وَنُذُرِ ﴿١٦﴾

17. Ni ukuri, Twaranoroheje Qor'ani, mu kuntu isomwa, ukuntu ifatwa ku mutwe, hamwe rero n'ugutahurika kwayo ikanazigamwa, ku wushaka kwibuka akikebuka. Mbega none, hoba hari uwibuka ngo yikebuke[1]!

وَلَقَدْ يَسَّرْنَا ٱلْقُرْءَانَ لِلذِّكْرِ فَهَلْ مِن مُّدَّكِرٍ ﴿١٧﴾

18. Bene Aadi barahakanye bivuye inyuma Huudi, Duca Turabahana. Ehe raba rero ukuntu Nahanye abangararije bagahakana bivuye inyuma Intumwa zanje! Mbega none, ukubagabisha ku bihano vyanje, hari ico kwabashikanyeko atari uguhona!

كَذَّبَتْ عَادٌ فَكَيْفَ كَانَ عَذَابِى وَنُذُرِ ﴿١٨﴾

19. Mu vy'ukuri, Twabarungikiye igihuhusi c'igikonyozi ku musi mubi w'ibihano vy'urutavanako, ata gahengwe;

إِنَّآ أَرْسَلْنَا عَلَيْهِمْ رِيحًا صَرْصَرًا فِى يَوْمِ نَحْسٍ مُّسْتَمِرٍّ ﴿١٩﴾

20. Nya bihano vyarandurana n'imizi abantu bikabashikura, bikabajugunyira hariya, ibihimba vy'umubiri bigatandukana, umutwe ukwawo n'ibindi bihimba ukwavyo, bagasigara ari nka kurya kw'ibishitsi vy'ibiti vy'itende vyaranduwe.

تَنزِعُ ٱلنَّاسَ كَأَنَّهُمْ أَعْجَازُ نَخْلٍ مُّنقَعِرٍ ﴿٢٠﴾

21. Ehe raba rero ukuntu Nahanye abangararije bakanahakana bivuye inyuma Intumwa zanje. Mbega none, ukubagabisha ku bihano vyanje, hari ico kwabashikanyeko atari uguhona!

فَكَيْفَ كَانَ عَذَابِى وَنُذُرِ ﴿٢١﴾

22. Ni ukuri, Twaranoroheje Qor'ani, mu kuntu isomwa, ukuntu ifatwa ku mutwe, hamwe rero n'ugutahurika kwayo ikanazigamwa, ku wushaka kwibuka akikebuka. Mbega none, hoba hari uwibuka ngo yikebuke!

وَلَقَدْ يَسَّرْنَا ٱلْقُرْءَانَ لِلذِّكْرِ فَهَلْ مِن مُّدَّكِرٍ ﴿٢٢﴾

23. Bene Thamuudi barungikiwe Swalehe, barahakanye bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo bagabishijweko;

كَذَّبَتْ ثَمُودُ بِٱلنُّذُرِ ﴿٢٣﴾

24. Maze barinamura bavuga bati: "Bishoboka gute ko dukurikira umuntu umwe nkatwe ata n'ico yodukangisha, kandi ari twe turi benshi! Mu vy'ukuri, hamwe twomukurikira, ni ukuri twoba turi mu muzimagiza uri kure cane y'ukuri, mbere twoba turi n'abasazi!

فَقَالُوٓاْ أَبَشَرًا مِّنَّا وَٰحِدًا نَّتَّبِعُهُۥٓ إِنَّآ إِذًا لَّفِى ضَلَٰلٍ وَسُعُرٍ ﴿٢٤﴾

[1] Iyi Aayah n'izindi zisusa na yo mu nsiguro, zihimiriza abantu kwiga, kwigisha no gusoma kenshi Qor'ani.

25. Vyoshoboka gute, ko ari we gusa muri twese ahishurirwa agahabwa ubutumwa! Ahubwo rero we, ni umubeshi ruhebwa yishima".

أَءُلْقِيَ ٱلذِّكْرُ عَلَيْهِ مِنۢ بَيْنِنَا بَلْ هُوَ كَذَّابٌ أَشِرٌ ﴿٢٥﴾

26. Igihe bashikiwe n'ibihano vyo mu buzima bwo kw'isi n'ivyo mu bw'inyuma yo gupfa, bazoheza bamenye neza umubeshi ruhebwa yishima, n'uwutari we.

سَيَعْلَمُونَ غَدًا مَّنِ ٱلْكَذَّابُ ٱلْأَشِرُ ﴿٢٦﴾

27. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Tugira dukurire Bene Thamuudi mw'ibuye ingamiya basavye, kugira Tubageragereze. Swalehe! Rindira wewe gusa, uzokwirabira ibihano bizobashikira nibashishikara guhakana, ubandanye wihanganira ibangamira ryabo kw'irarikiramana ryawe;

إِنَّا مُرْسِلُوا۟ ٱلنَّاقَةِ فِتْنَةً لَّهُمْ فَٱرْتَقِبْهُمْ وَٱصْطَبِرْ ﴿٢٧﴾

28. Bamenyeshe kandi ko amazi agabuwe kw'izamu hagati yabo n'iyo ngamiya. Bagenewe umusi umwe wo kuvoma, uwundi musi ukurikira na wo ugenewe ingamiya. Kizire ko hagira uwuvogerwa ku musi wiwe.

وَنَبِّئْهُمْ أَنَّ ٱلْمَآءَ قِسْمَةٌۢ بَيْنَهُمْ ۖ كُلُّ شِرْبٍ مُّحْتَضَرٌ ﴿٢٨﴾

29. Ni ho rero Bene Thamuudi bahamagara mugenziwabo baramuryosharyosha ngo yice nya ngamiya, aca arayifata arayicumita arayikerera, baca barahanwa;

فَنَادَوْا۟ صَاحِبَهُمْ فَتَعَاطَىٰ فَعَقَرَ ﴿٢٩﴾

30. Ehe raba rero ukuntu Nahanye abangararije bakanahakana bivuye inyuma Intumwa zanje. Mbega none, ukubagabisha ku bihano vyanje, hari ico kwabashikanyeko atari uguhona!

فَكَيْفَ كَانَ عَذَابِى وَنُذُرِ ﴿٣٠﴾

31. Mu vy'ukuri mu kubahana, Twabarungikiye umumalayika Jibrili, maze akoma akaruru rimwe baca bahonera rimwe bose, baba nk'ivyatsi vyumye bivungagurika birunzwe mu ruhongore rw'ibitungwa.

إِنَّآ أَرْسَلْنَا عَلَيْهِمْ صَيْحَةً وَٰحِدَةً فَكَانُوا۟ كَهَشِيمِ ٱلْمُحْتَظِرِ ﴿٣١﴾

32. Ni ukuri, Twaranoroheje Qor'ani, mu kuntu isomwa, ukuntu ifatwa ku mutwe, hamwe rero n'ugutahurika kwayo ikanazigamwa, ku wushaka kwibuka akikebuka. Mbega none, hoba hari uwibuka ngo yikebuke!

وَلَقَدْ يَسَّرْنَا ٱلْقُرْءَانَ لِلذِّكْرِ فَهَلْ مِن مُّدَّكِرٍ ﴿٣٢﴾

33. Abantu ba Luutwi, barahakanye bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo bagabishijweko;

كَذَّبَتْ قَوْمُ لُوطٍۭ بِٱلنُّذُرِ ﴿٣٣﴾

34. Mu vy'ukuri, mu kubahana Twabarungikiye igihuhusi c'urubuye kirabahitana, kiretse umuryango wa Luutwi Twarokoye mu bihano mu bucagucagu;

إِنَّآ أَرْسَلْنَا عَلَيْهِمْ حَاصِبًا إِلَّآ ءَالَ لُوطٍ ۖ نَّجَّيْنَٰهُم بِسَحَرٍ ﴿٣٤﴾

35. Ku nema y'impuhwe zacu Twagiriye nya muryango. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twahemvye Luutwi n'umuryango wiwe Tukabarokora mu bihano - Duhemba uwutwemera akanashima inema zacu.

نِّعْمَةً مِّنْ عِندِنَا ۚ كَذَٰلِكَ نَجْزِى مَن شَكَرَ ﴿٣٥﴾

36. Ni ukuri, Luutwi yaragabishije ku bihano vy'Imana Allah abo yarungitsweko. Ha kumwumvira, bivuye inyuma mu guhakana Aayah n'ivyemezo bagabishijweko;

وَلَقَدْ أَنذَرَهُم بَطْشَتَنَا فَتَمَارَوْا۟ بِٱلنُّذُرِ ﴿٣٦﴾

37. Ni ukuri, baranamwinginze ngo abareke basambanye abamalayika baje kumugendera, maze Turabahumya amaso ntibashobora kubona n'umwe muri bo, baca babwirwa bati: "Nimuhonje rero ibihano vyanje n'ingaruka y'igabishwa ryanje mwashikirijwe na Luutwi (nyakugira amahoro y'Imana Allah)".

وَلَقَدْ رَٰوَدُوهُ عَن ضَيْفِهِۦ فَطَمَسْنَآ أَعْيُنَهُمْ فَذُوقُواْ عَذَابِى وَنُذُرِ ﴿٣٧﴾

38. Ni ukuri, bazinduwe n'ibihano vyo mu bucagucagu vy'urutavanako, ata gahengwe;

وَلَقَدْ صَبَّحَهُم بُكْرَةً عَذَابٌ مُّسْتَقِرٌّ ﴿٣٨﴾

39. Maze babwirwa bati: "Nimuhonje rero ibihano vyanje bitewe no kugarariza kwanyu, n'ingaruka y'igabishwa ryanje mwashikirijwe na Luutwi (nyakugira amahoro y'Imana Allah)".

فَذُوقُواْ عَذَابِى وَنُذُرِ ﴿٣٩﴾

40. Ni ukuri, Twaranoroheje Qor'ani, mu kuntu isomwa, ukuntu ifatwa ku mutwe, hamwe rero n'ugutahurika kwayo ikanazigamwa, ku wushaka kwibuka akikebuka. Mbega none, hoba hari uwibuka ngo yikebuke!

وَلَقَدْ يَسَّرْنَا ٱلْقُرْءَانَ لِلذِّكْرِ فَهَلْ مِن مُّدَّكِرٍ ﴿٤٠﴾

41. Ni ukuri abantu ba Firawuni, barashikiriwe na Aayah n'ivyemezo bibagabisha ku bihano vyacu;

وَلَقَدْ جَآءَ ءَالَ فِرْعَوْنَ ٱلنُّذُرُ ﴿٤١﴾

42. Baraheza barahakana bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyacu vyose vyerekana ko hari Imana Imwe Rudende Allah, bikerekana n'ukuri kw'Intumwa zacu, Duca Turabafata Turabahana uguhana kwa Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Mushoboravyose.

كَذَّبُواْ بِـَٔايَـٰتِنَا كُلِّهَا فَأَخَذْنَـٰهُمْ أَخْذَ عَزِيزٍ مُّقْتَدِرٍ ﴿٤٢﴾

43. Bakorayishi! Abagarariji muri mwebwe, ni bo ntore rero gusumba abo Duhejeje kubiganira Twahoneje kubera ubugarariji bwabo! Canke mwoba mufise ubudahangarwa bwo kudahanwa n'Imana Allah bwanditswe mu Bitabu Yamanuye!

أَكُفَّارُكُمْ خَيْرٌ مِّنْ أُوْلَـٰٓئِكُمْ أَمْ لَكُم بَرَآءَةٌ فِى ٱلزُّبُرِ ﴿٤٣﴾

44. Ahubwo rero, burya abagarariji b'i Makka, boba bihenda bakavuga bati: "Twebwe twese hamwe turamutse tugize urunani, turashobora gutsinda uwudushakira inabi tukamunesha!".

أَمْ يَقُولُونَ نَحْنُ جَمِيعٌ مُّنتَصِرٌ ﴿٤٤﴾

45. Bose hamwe mu runani rwabo, bazotsindwa baneshwe n'abemeramana, maze batungwe n'ayo bameze[1].

سَيُهْزَمُ ٱلْجَمْعُ وَيُوَلُّونَ ٱلدُّبُرَ ﴿٤٥﴾

46. Mbere isango ryabo ryo guhanirwako, ni ku musi w'izuka; kandi ku musi w'izuka ryabo, bazohanwa bahashwe, maze bahabonere ayo imbwa yaboneye ku mugezi.

بَلِ ٱلسَّاعَةُ مَوْعِدُهُمْ وَٱلسَّاعَةُ أَدْهَىٰ وَأَمَرُّ ﴿٤٦﴾

47. Mu vy'ukuri, abanyavyaha barenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, bazoba bari mu muzimagiza uri kure cane y'ukuri no mu magorwa y'ibihano;

إِنَّ ٱلْمُجْرِمِينَ فِى ضَلَـٰلٍ وَسُعُرٍ ﴿٤٧﴾

[1] Vyarashitse koko abagarariji baraneshwa ku rugamba rwa Badri, bamwe muri bo baricwa, abandi bagirwa imbohe; abacitse kw'icumu na bo banyaga amagara barata barahunga batazambaye.

48. Umusi babururiwe mu muriro bubitse inda, maze bakabwirwa bati: “Nimuhonje rero ibihano bikaze vy’umuriro wa Jahannamu ubabura”.

يَوْمَ يُسْحَبُونَ فِي ٱلنَّارِ عَلَىٰ وُجُوهِهِمْ ذُوقُواْ مَسَّ سَقَرَ ﴿٤٨﴾

49. Mu vy’ukuri Twebwe Allah, ikintu cose Twakiremye ku rugero rwagezwe kandi ruzwi mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n’ishirwa mu ngiro ryavyo “Lawhu Mahfuudhw”.

إِنَّا كُلَّ شَيْءٍ خَلَقْنَٰهُ بِقَدَرٍ ﴿٤٩﴾

50. Twebwe Allah, nta tegeko ryacu Duha ikintu ico ari co cose Dushatse ko kiba, kiretse ko Tukibwira ijambo rimwe gusa Duti: “Ba”, kigaca kiba ubwo nyene mu kanya isase nk’ikoma ry’urugohe.

وَمَآ أَمْرُنَآ إِلَّا وَٰحِدَةٌ كَلَمْحٍۭ بِٱلْبَصَرِ ﴿٥٠﴾

51. Bagarariji! Ni ukuri, Twarahoneje mu bantu bo hambere, abari bateye nkamwe mu bugarariji. Mbega none, hoba hari uwibuka ukuntu bahonejwe ngo yikebuke!

وَلَقَدْ أَهْلَكْنَآ أَشْيَاعَكُمْ فَهَلْ مِن مُّدَّكِرٍ ﴿٥١﴾

52. N’ivyo bagize vyose rero; vyaba ivyiza canke ibibi, biranditswe mu bitabu vy’abamalayika bajejwe kwandika ibikorwa vy’ibiremwa;

وَكُلُّ شَيْءٍ فَعَلُوهُ فِي ٱلزُّبُرِ ﴿٥٢﴾

53. N’ico ari co cose bikoze; caba gito canke kinini, kiranditswe, kandi bizogihemberwa.

وَكُلُّ صَغِيرٍ وَكَبِيرٍ مُّسْتَطَرٌ ﴿٥٣﴾

54. Mu vy’ukuri abagamburukiramana, bazoba bari mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw’ijuru, irimwo n’inzuzi zitemba;

إِنَّ ٱلْمُتَّقِينَ فِي جَنَّٰتٍ وَنَهَرٍ ﴿٥٤﴾

55. Bari mu cicaro c’ukuri kitigera kiyagirwamwo ibintu vy’imburakimazi, bari ku Mana Allah, Mwamiwabami, Rushoboravyose.

فِي مَقْعَدِ صِدْقٍ عِندَ مَلِيكٍ مُّقْتَدِرٍۭ ﴿٥٥﴾

55. Ar-Rahmaan (Nyenimpuhwe)
Aayah 78, Madina

Kw’izina ry’Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Nyenimpuhwe;

ٱلرَّحْمَٰنُ ﴿١﴾

2. Yarigishije umuntu Qor’ani, mu kumworohereza ukuntu isomwa, ukuntu ifatwa ku mutwe, hamwe rero n’ugutahurika kwayo ikanazigamwa.

عَلَّمَ ٱلْقُرْءَانَ ﴿٢﴾

3. Yaremye umuntu;

خَلَقَ ٱلْإِنسَٰنَ ﴿٣﴾

4. Yamwigishije gutomora ikiri ku mutima; iryo rikaba ari na ryo teka yatewe gusumba ibindi biremwa.

عَلَّمَهُ ٱلْبَيَانَ ﴿٤﴾

5. Izuba n’ukwezi bigenda bibisikanya mu giharuro ata kwihenda eka ata n’uguhindagurika kw’igiharuro.

ٱلشَّمْسُ وَٱلْقَمَرُ بِحُسْبَانٍ ﴿٥﴾

6. N’inyenyeri kw’ijuru canke ibiterwa bitagira intimbatimba, hamwe rero n’ibiti bifise umutumba, vyose vyubamira Imana Allah Yabiremye, bikanagamburuka mu kwubahiriza ico vyaremewe ku neza ya kiremwa-muntu.

وَٱلنَّجْمُ وَٱلشَّجَرُ يَسْجُدَانِ ﴿٦﴾

7. N'ijuru Yararihanitse hejuru y'isi, maze Ishira kw'isi ubutungane Yategetse ko bwubahirizwa hagati y'ibiremwa;	وَٱلسَّمَآءَ رَفَعَهَا وَوَضَعَ ٱلْمِيزَانَ ۝٧
8. Kugira ntihagire uwo murenganya ku munzani;	أَلَّا تَطْغَوْا۟ فِى ٱلْمِيزَانِ ۝٨
9. Muheze mupime mu butungane, kandi ntimukagabanye ku munzani mu gihe mupimiye abandi.	وَأَقِيمُوا۟ ٱلْوَزْنَ بِٱلْقِسْطِ وَلَا تُخْسِرُوا۟ ٱلْمِيزَانَ ۝٩
10. N'isi Yarayishashe neza, kugira ibiremwa bishobore kuyibako;	وَٱلْأَرْضَ وَضَعَهَا لِلْأَنَامِ ۝١٠
11. Kuri nya si rero, hari ivyamwa hamwe n'ibiti vy'itende bishurikira mu gitutwe maze bikama itende;	فِيهَا فَٰكِهَةٌ وَٱلنَّخْلُ ذَاتُ ٱلْأَكْمَامِ ۝١١
12. Hari n'intete zifise agashishwa zibabeshaho, hakaba n'izindi zifise akamotero.	وَٱلْحَبُّ ذُو ٱلْعَصْفِ وَٱلرَّيْحَانُ ۝١٢
13. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana[1]!	فَبِأَىِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ۝١٣
14. Bantu! Yaremye so wanyu Adamu mw'ivu ryumye rikumagana nk'ibumba ryokeje;	خَلَقَ ٱلْإِنسَٰنَ مِن صَلْصَٰلٍ كَٱلْفَخَّارِ ۝١٤
15. Irema na Ibilisi, ari na yo nkomoko y'Amajini, mu rubeya rurabagiza rw'umuriro.	وَخَلَقَ ٱلْجَآنَّ مِن مَّارِجٍ مِّن نَّارٍ ۝١٥
16. Bantu hamwe n'Amajini! None ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!	فَبِأَىِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ۝١٦
17. Ni Yo Mana Rurema, Yaremye ubuseruko bubiri; mu gihe c'ici no mu gihe c'urushana; Ikaba n'Imana Rurema Yaremye n'uburengero bubiri muri ivyo bihe nyene.	رَبُّ ٱلْمَشْرِقَيْنِ وَرَبُّ ٱلْمَغْرِبَيْنِ ۝١٧
18. Bantu hamwe n'Amajini! None ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!	فَبِأَىِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ۝١٨
19. Yahurije hamwe amabahari abiri, atandukanye mu kanovera k'amazi yayo;	مَرَجَ ٱلْبَحْرَيْنِ يَلْتَقِيَانِ ۝١٩
20. Hamwe n'iryo tandukaniro ry'akanovera k'amazi yayo rero, hagati yayo hariho agakingo gatuma amazi y'icunyunyu y'iri bahari atavangana n'amazi y'akanovera y'irindi bahari.	بَيْنَهُمَا بَرْزَخٌ لَّا يَبْغِيَانِ ۝٢٠
21. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo	فَبِأَىِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ۝٢١

[2] Igihe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yasomera Amajini iki gisomwa, igihe cose isomye iyi Aayah, nya Majini yaca yishura ati: "Eka nta n'imwe mu nema zawe Mana yacu Rurema Allah duhakana, ahubwo mbere Urakwiye ishimagizwa muri vyose!". Birakenewe rero ko umuntu yemanga agashima inema z'Imana Allah mu gihe cose azibukijwe.

kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

22. Muri nya mabahari yompi, hacukurwamwo ubutare bwa lulu[1] n'ubwa marjaani[2]. يَخۡرُجُ مِنۡهُمَا ٱللُّؤۡلُؤُ وَٱلۡمَرۡجَانُ ٢٢

23. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana! فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٢٣

24. Ni na Yo Nyenububasha, Ituma ubwato bugendera mw'ibahari mu ruja n'uruza, buriko ibitambara bimanitse bingana umusozi, busunikwa n'umuyaga. وَلَهُ ٱلۡجَوَارِ ٱلۡمُنشَـَٔاتُ فِي ٱلۡبَحۡرِ كَٱلۡأَعۡلَامِ ٢٤

25. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana! فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٢٥

26. Zina kiremwa cose kiri kw'isi, kizopfa gihone; كُلُّ مَنۡ عَلَيۡهَا فَانٍ ٢٦

27. Maze hasigare gusa Imana yawe Rurema Allah, Yo Yonyene ubwayo, Nyenicubahiro kirengeye vyose, Nyenubugwaneza[3]. وَيَبۡقَىٰ وَجۡهُ رَبِّكَ ذُو ٱلۡجَلَٰلِ وَٱلۡإِكۡرَامِ ٢٧

28. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana! فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٢٨

29. Abari mu majuru n'isi, ni Yo basaba ko Ibaronsa ivyo bakeneye vyose. Imisi yose rero, Iba Iriko Irabishura, maze Igatera iteka uyu Igateza urubwa n'uriya; Igaha uyu, Ikima n'uriya. يَسۡـَٔلُهُۥ مَن فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۚ كُلَّ يَوۡمٍ هُوَ فِي شَأۡنٍ ٢٩

30. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana! فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٣٠

31. Emwe bantu hamwe n'Amajini! Burya, Tuzoteba Tubaharurira ivyo mwakoze kw'isi, Twongere Tubibahembere, Duheze Duhane abanyavyaha, Duhe n'indishi abagwaneza. سَنَفۡرُغُ لَكُمۡ أَيُّهَ ٱلثَّقَلَانِ ٣١

32. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٣٢

---

[1] Lulu, ni ubwoko bw'ubutare bwiburungushuye, bucukurwa mw'ibahari, bukaba buboneka mu binyabuzima biba musi yaryo, bukagira amabara atandukanye; nk'ibara ryera, iryirabura, n'ayandi. Ni ubutare buzimvye cane.

[2] Marjaani, ni ubwoko bw'amabuye y'agaciro, acukurwa mw'ibahari, akaba yiremarema mu binyabuzima biba musi yaryo, aremye nk'ishurwe rifise udushami n'imizi, akagira n'ibara risa n'agahama canke rishaka gutukura.

[1] Muri iyi Aayah, harimwo icemezo c'uko Imana Allah Ifise mu maso mu buryo buberanye n'icubahiro cayo, ata kugereranya mu maso hayo n'ah'ibiremwa mu kuntu hasa n'ukuntu haremye.

kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

33. Emwe bantu hamwe n'Amajini! Nimwaba mushobora gucaruka mu bihano mugahungira mu mihingo itandukanye y'amajuru n'isi, nimuhunge mwomoke. Eka ntimushobora gucaruka na gato, kiretse ku bushobozi n'ububasha vy'Imana Allah.

يَٰمَعۡشَرَ ٱلۡجِنِّ وَٱلۡإِنسِ إِنِ ٱسۡتَطَعۡتُمۡ أَن تَنفُذُواْ مِنۡ أَقۡطَارِ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ فَٱنفُذُواْۚ لَا تَنفُذُونَ إِلَّا بِسُلۡطَٰنٖ ٣٣

34. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٣٤

35. Mu gihe mwokwihenda ngo murahunze nya bihano, muzorungikirwa urubeya rw'umuriro, Tubarungikire n'ubutare bw'umujumpu buyongejwe, busukwe ku mitwe yanyu, ntimuzonatabarana hagati yanyu.

يُرۡسَلُ عَلَيۡكُمَا شُوَاظٞ مِّن نَّارٖ وَنُحَاسٞ فَلَا تَنتَصِرَانِ ٣٥

36. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٣٦

37. Igihe ijuru ryasadaguritse ku musi w'umuhero w'isi, rikarungurira rigasa nk'ishurwe ritukura, rikaba nka kurya kw'amavuta n'icuma vyasebuye bikaryimara.

فَإِذَا ٱنشَقَّتِ ٱلسَّمَآءُ فَكَانَتۡ وَرۡدَةٗ كَٱلدِّهَانِ ٣٧

38. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٣٨

39. Kuri uyo musi, abamalayika nta n'umwe bazobaza ku vyaha vyiwe, yaba mu bantu kibure mu Majini.

فَيَوۡمَئِذٖ لَّا يُسۡـَٔلُ عَن ذَنۢبِهِۦٓ إِنسٞ وَلَا جَآنّٞ ٣٩

40. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٤٠

41. Abanyavyaha barenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, abamalayika bazobamenyera ku bimenyetso vyabo bibaranga, maze babacakire mu ruhanga n'ibirenge, babajugunyire mu muriro.

يُعۡرَفُ ٱلۡمُجۡرِمُونَ بِسِيمَٰهُمۡ فَيُؤۡخَذُ بِٱلنَّوَٰصِي وَٱلۡأَقۡدَامِ ٤١

42. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ٤٢

43. Bazobwirwa ku gashinyaguro n'akantu bati: "Ng'iyi rero Jahannamu, abanyavyaha bahora bahakana kw'isi ko itabaho";

هَٰذِهِۦ جَهَنَّمُ ٱلَّتِي يُكَذِّبُ بِهَا ٱلۡمُجۡرِمُونَ ٤٣

44. Ibihano bazohabwa bizokurakuranwa. Hamwe bazohanishwa umuriro, ahandi bahanishwe amazi yasebuye akaryimara, acagagura amara.

يَطُوفُونَ بَيْنَهَا وَبَيْنَ حَمِيمٍ ءَانٍ ﴿٤٤﴾

45. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٤٥﴾

46. Uwutinya guhagarikwa imbere y'Imana yiwe Rurema Allah, maze akubahiriza amabwirizwa yayo, azohabwa imirima ibiri itotahaye mu Bwami bw'ijuru.

وَلِمَنْ خَافَ مَقَامَ رَبِّهِۦ جَنَّتَانِ ﴿٤٦﴾

47. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٤٧﴾

48. Nya mirima yompi, irimwo amashami y'ibiti abogaboga ivyamwa.

ذَوَاتَآ أَفْنَانٍ ﴿٤٨﴾

49. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٤٩﴾

50. Muri nya mirima yompi, harimwo imbizi zibiri z'amazi atemba hagati yayo.

فِيهِمَا عَيْنَانِ تَجْرِيَانِ ﴿٥٠﴾

51. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٥١﴾

52. Muri nya mirima yompi, harimwo ubwoko bubiribubiri bw'ivyamwa; bitoto n'ivyumye.

فِيهِمَا مِن كُلِّ فَٰكِهَةٍ زَوْجَانِ ﴿٥٢﴾

53. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٥٣﴾

54. Bazoba bicaye ku bisaswa bitekeyemwo iharire iremereye, no kwamura ivyamwa vyo muri nya mirima yompi bizoba vyoroshe.

مُتَّكِـِٔينَ عَلَىٰ فُرُشٍۭ بَطَآئِنُهَا مِنْ إِسْتَبْرَقٍ ۚ وَجَنَى ٱلْجَنَّتَيْنِ دَانٍ ﴿٥٤﴾

55. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٥٥﴾

56. Kuri nya bisaswa, hazoba hicaye n'abakenyezi bagumiza akajisho ku bagabo babo, barangwa n'ubwiza bw'akataraboneka (Hururayini), ata muntu n'umwe canke Ijini arigera ababira imbere yuko bashingirwa kuri bo.

فِيهِنَّ قَٰصِرَٰتُ ٱلطَّرْفِ لَمْ يَطْمِثْهُنَّ إِنسٌ قَبْلَهُمْ وَلَا جَآنٌّ ﴿٥٦﴾

57. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٥٧﴾

58. Nya bakenyezi bo mu Bwami bw'ijuru, ku bwiza bwabo womengo ni Yaakuuti[1] na Marjaani[2].

كَأَنَّهُنَّ ٱلْيَاقُوتُ وَٱلْمَرْجَانُ ﴿٥٨﴾

59. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٥٩﴾

60. Mbega ineza ntiyiturwa iyindi! Indishi y'ubugwaneza rero ni uguhabwa Ubwami bw'ijuru!

هَلْ جَزَآءُ ٱلْإِحْسَٰنِ إِلَّا ٱلْإِحْسَٰنُ ﴿٦٠﴾

61. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٦١﴾

62. Hamwe n'iyo mirima ibiri, baragenewe kandi n'iyindi mirima ibiri itotahaye mu Bwami bw'ijuru.

وَمِن دُونِهِمَا جَنَّتَانِ ﴿٦٢﴾

63. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٦٣﴾

64. Nya mirima yompi, isa n'icatsi kibisi gihakwa kwirabura.

مُدْهَآمَّتَانِ ﴿٦٤﴾

65. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٦٥﴾

66. Muri nya mirima yompi, harimwo imbizi zibiri z'amazi aguma adudubiza, atigera akama.

فِيهِمَا عَيْنَانِ نَضَّاخَتَانِ ﴿٦٦﴾

67. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٦٧﴾

68. Muri nya mirima yompi, harimwo amoko y'ivyamwa, itende n'imikomamanga.

فِيهِمَا فَٰكِهَةٌ وَنَخْلٌ وَرُمَّانٌ ﴿٦٨﴾

69. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٦٩﴾

---

[1] Yaakuuti. ni ubwoko bw'ubutare bucukurwa musi y'ibahari, bukaba busa n'ibara ritukura canke ry'ubururu, buremye nk'ibuye, busayangana.

[2] Marjaani, ni ubwoko bw'amabuye y'agaciro, acukurwa mw'ibahari, akaba yiremarema mu binyabuzima biba musi yaryo, aremye nk'ishurwe rifise udushami n'imizi, akagira n'ibara risa n'agahama canke rishaka gutukura.

فِيهِنَّ خَيْرَٰتٌ حِسَانٌ ﴿٧٠﴾

70. Muri iyo mirima yose uko ari ine rero, harimwo abakenyezi barangwa n'ingeso nziza, bakayangana mu maso, eka ntiworaba ubwiza buri aho!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٧١﴾

71. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

حُورٌ مَّقْصُورَٰتٌ فِى ٱلْخِيَامِ ﴿٧٢﴾

72. Ni abakenyezi bo mu Bwami bw'ijuru barangwa n'ubwiza bw'akataraboneka (Hururayini), bari n'ahantu hihereye mu mahema.

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٧٣﴾

73. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

لَمْ يَطْمِثْهُنَّ إِنسٌ قَبْلَهُمْ وَلَا جَآنٌّ ﴿٧٤﴾

74. Nta muntu n'umwe canke Ijini arigera ababira imbere yuko bashingirwa kuri bo.

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٧٥﴾

75. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

مُتَّكِـِٔينَ عَلَىٰ رَفْرَفٍ خُضْرٍ وَعَبْقَرِىٍّ حِسَانٍ ﴿٧٦﴾

76. Bazoba bicaye ku misego ipfutswe n'ibitambara vy'icatsi kibisi, n'ibisaswa bihinguwe neza, ntiworaba!

فَبِأَيِّ ءَالَآءِ رَبِّكُمَا تُكَذِّبَانِ ﴿٧٧﴾

77. Bantu hamwe n'Amajini! None, ni izihe nema mu nema z'Imana yanyu Rurema Allah, zaba izo mu buzima bwo kw'isi canke izo mu bw'inyuma yo gupfa, mufiseko amakenga bigatuma muzihakana!

تَبَارَكَ ٱسْمُ رَبِّكَ ذِى ٱلْجَلَٰلِ وَٱلْإِكْرَامِ ﴿٧٨﴾

78. Harakubahwa rero izina ry'Imana yawe Rurema, Nyenimigisha-ntangere ku biremwa, Nyenicubahiro kirengeye vyose, Nyenubugwaneza.

56. Al-Waaqi'ah (Umuhero w'isi)
Aayah 96, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِذَا وَقَعَتِ ٱلْوَاقِعَةُ ﴿١﴾

1. Igihe umuhero w'isi wabaye;

لَيْسَ لِوَقْعَتِهَا كَاذِبَةٌ ﴿٢﴾

2. Ukuba kwawo, nta n'umwe ashobora kuguhakana;

خَافِضَةٌ رَّافِعَةٌ ﴿٣﴾

3. Uzota abansi b'Imana Allah mu muriro, uduze abatoni bayo mu Bwami bw'ijuru.

إِذَا رُجَّتِ ٱلْأَرْضُ رَجًّا ﴿٤﴾

4. Igihe isi yagigimye nya kugigima;

وَبُسَّتِ ٱلْجِبَالُ بَسًّا ﴿٥﴾

5. Imisozi na yo ikavungagurika nya kuvungagurika;

6. Igacika intumo itumurwa n'umuyaga mu kirere;	فَكَانَتْ هَبَآءً مُّنۢبَثًّا ﴿٦﴾
7. Maze na mwe ibiremwa mukagaburwa mu migwi itatu;	وَكُنتُمْ أَزْوَٰجًا ثَلَٰثَةً ﴿٧﴾
8. Umugwi w'abantu b'iburyo. Ese icokwereka icubahiro cabo n'indishi bagenewe!	فَأَصْحَٰبُ ٱلْمَيْمَنَةِ مَآ أَصْحَٰبُ ٱلْمَيْمَنَةِ ﴿٨﴾
9. Umugwi w'abantu b'ibubamfu. Ese icokwereka amagorwa bagowe n'ibihano bibarindiriye!	وَأَصْحَٰبُ ٱلْمَشْـَٔمَةِ مَآ أَصْحَٰبُ ٱلْمَشْـَٔمَةِ ﴿٩﴾
10. Hamwe rero n'umugwi w'abahurumbira gukora ivyiza kw'isi, bazotanga abandi mu vyubahiro vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa;	وَٱلسَّٰبِقُونَ ٱلسَّٰبِقُونَ ﴿١٠﴾
11. Aba rero, ni bo bazoba batonye hambavu y'Imana Allah;	أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلْمُقَرَّبُونَ ﴿١١﴾
12. Ikazobinjiza mu Bwami bw'ijuru bwuzuye inema.	فِى جَنَّٰتِ ٱلنَّعِيمِ ﴿١٢﴾
13. Hazokwinjira muri Bwo, umugwi munini w'abantu bo mu binjana vya mbere mu barungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe n'abandi bantu bo kuva ku gihe ca Adamu;	ثُلَّةٌ مِّنَ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿١٣﴾
14. Hamwe rero n'umugwi w'abantu bake mu bakurikiye mu nyuma gushika ku musi w'iherezo[1];	وَقَلِيلٌ مِّنَ ٱلْءَاخِرِينَ ﴿١٤﴾
15. Bazoba bicaye ku bitanda bisharijwe n'inzahabu;	عَلَىٰ سُرُرٍ مَّوْضُونَةٍ ﴿١٥﴾
16. Bavyegamiyeko, bicaye barabana;	مُّتَّكِـِٔينَ عَلَيْهَا مُتَقَٰبِلِينَ ﴿١٦﴾
17. Bazoba bakikujwe n'imisore myiza, ikurakuranwa mu kubazimana, iri mu runganwe rumwe, idasaza, itigera ipfa;	يَطُوفُ عَلَيْهِمْ وِلْدَٰنٌ مُّخَلَّدُونَ ﴿١٧﴾
18. Ibahereza ibinyobwa mu bikombe n'amabirika, maze bahabwe n'akarahuri k'inzoga zenzwe mu mazi y'imbizi itemba mu Bwami bw'ijuru;	بِأَكْوَابٍ وَأَبَارِيقَ وَكَأْسٍ مِّن مَّعِينٍ ﴿١٨﴾
19. Ntibazosoma nya karahuri ngo bameneke umutwe, eka ntibazonaborerwa ngo umutwe uyayuke, batangure kudedemba bavuga ayamuhe;	لَّا يُصَدَّعُونَ عَنْهَا وَلَا يُنزِفُونَ ﴿١٩﴾
20. Ibahereza n'ivyamwa bo bonyene bihitiyemwo;	وَفَٰكِهَةٍ مِّمَّا يَتَخَيَّرُونَ ﴿٢٠﴾
21. Hamwe n'inyama z'inyoni bo bonyene bipfuza;	وَلَحْمِ طَيْرٍ مِّمَّا يَشْتَهُونَ ﴿٢١﴾
22. Bazoba bafiseyo n'abakenyezi bo mu Bwami bw'ijuru barangwa n'ubwiza bw'akataraboneka (Hururayini);	وَحُورٌ عِينٌ ﴿٢٢﴾
23. Ku bwiza bwa nya bakenyezi, wogira ngo ni lulu[2] zikiri aho zaremewe, zitarakorwako n'iminwe y'abantu;	كَأَمْثَٰلِ ٱللُّؤْلُوِ ٱلْمَكْنُونِ ﴿٢٣﴾

[1] Abo bakaba ari abarungikiwe Intumwa yasozereye izindi, Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Abo na bo, bafatwa ko ari umugwi w'abantu bake ugereranije n'igitigiri c'abandi bantu bose kuva kuri Adamu gushika ku muzo w'iyo Ntumwa.

[2] Lulu, ni ubwoko bw'ubutare bwiburungushuye, bucukurwa mw'ibahari, bukaba buboneka mu binyabuzima biba musi yaryo, bukagira amabara atandukanye; nk'ibara ryera, iryirabura, n'ayandi. Ni ubutare buzimvye cane.

24. Iyo ni yo mpembo yabo ku vyo bari barakoze kw'isi.	جَزَآءًۢ بِمَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ٢٤
25. Muri nya Bwami, ntibazokwumva amajambo y'ikinyoma canke ay'imburakimazi;	لَا يَسۡمَعُونَ فِيهَا لَغۡوٗا وَلَا تَأۡثِيمًا ٢٥
26. Kiretse gusa ijambo riroranye ryeza umutima, n'iryo kuramukanya amahoro.	إِلَّا قِيلٗا سَلَٰمٗا سَلَٰمٗا ٢٦
27. Abantu b'iburyo. Ese icokwereka icubahiro cabo n'indishi bagenewe!	وَأَصۡحَٰبُ ٱلۡيَمِينِ مَآ أَصۡحَٰبُ ٱلۡيَمِينِ ٢٧
28. Bazoba bari ahantu hari igiti ca Sidri kitagira amahwa;	فِي سِدۡرٖ مَّخۡضُودٖ ٢٨
29. N'ibitoki vy'imihanyu igerekeranye;	وَطَلۡحٖ مَّنضُودٖ ٢٩
30. Bari mu gatutu kamaho, katigera karenga;	وَظِلّٖ مَّمۡدُودٖ ٣٠
31. Hari n'amazi atemba, atigera akama;	وَمَآءٖ مَّسۡكُوبٖ ٣١
32. N'ivyamwa vy'ubwoko bwinshi vy'urutavanako;	وَفَٰكِهَةٖ كَثِيرَةٖ ٣٢
33. Bitigera bihundura, ata n'ikibabuza kuvyamura borohewe;	لَّا مَقۡطُوعَةٖ وَلَا مَمۡنُوعَةٖ ٣٣
34. Bazoba bicaye ku bisaswa bishashe neza ku bitanda.	وَفُرُشٖ مَّرۡفُوعَةٍ ٣٤
35. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Tuzoha abagore bo mu Bwami bw'ijuru indemo nshasha itandukanye kure cane n'iyo n'ukuntu bari bararemwe kw'isi;	إِنَّآ أَنشَأۡنَٰهُنَّ إِنشَآءٗ ٣٥
36. Maze Tubagire amasugi;	فَجَعَلۡنَٰهُنَّ أَبۡكَارًا ٣٦
37. Yikundwakaza ku bagabo bayo, akaba no mu runganwe rumwe;	عُرُبًا أَتۡرَابٗا ٣٧
38. Tukazobaremera bushasha abantu b'iburyo;	لِّأَصۡحَٰبِ ٱلۡيَمِينِ ٣٨
39. Ari na bo bagize umugwi w'abantu benshi b'imbere y'irungikwa ry'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);	ثُلَّةٞ مِّنَ ٱلۡأَوَّلِينَ ٣٩
40. Hamwe rero n'umugwi w'abantu benshi bakurikiye mu nyuma gushika ku musi w'iherezo.	وَثُلَّةٞ مِّنَ ٱلۡأٓخِرِينَ ٤٠
41. Umugwi w'abantu b'ibubamfu. Ese icokwereka amagorwa bagowe n'ibihano bibarindiriye!	وَأَصۡحَٰبُ ٱلشِّمَالِ مَآ أَصۡحَٰبُ ٱلشِّمَالِ ٤١
42. Bazoba bari mu bihano vy'umwokero w'umuriro wa Jahannamu bahezagurika, bahemburwa n'amazi yasebuye akaryimara, acagagura amara;	فِي سَمُومٖ وَحَمِيمٖ ٤٢
43. Bari mu gatutu k'umwotsi wa Jahannamu;	وَظِلّٖ مِّن يَحۡمُومٖ ٤٣
44. Si ahantu harangwa n'akayaga wokwipfuza gushikira; si n'ahantu hubashwe wokwipfuza kuraba ibihabera;	لَّا بَارِدٖ وَلَا كَرِيمٖ ٤٤
45. Mu vy'ukuri n'imbere y'aho bakiri kw'isi, bararyoherwa n'ibizira mu bihendamaso vyayo, bakirengagiza ukuri bazaniwe n'Intumwa z'Imana Allah;	إِنَّهُمۡ كَانُواْ قَبۡلَ ذَٰلِكَ مُتۡرَفِينَ ٤٥

46. Baranatsimbatara kw'igarariza n'ibangikanyamana, batiyumvira kwigaya;	وَكَانُواْ يُصِرُّونَ عَلَى ٱلْحِنثِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٤٦﴾
47. Bahora bavuga mu guhakana izurwa ry'ibiremwa, bati: "Mbega burya, nitwapfa tugacika ivu n'amagufa yaboze mu kuzimu, tuzoheza dusubizwe ubuzima tuzuke koko!	وَكَانُواْ يَقُولُونَ أَيِذَا مِتْنَا وَكُنَّا تُرَابًا وَعِظَٰمًا أَءِنَّا لَمَبْعُوثُونَ ﴿٤٧﴾
48. Burya, tuzozuka twebwe hamwe n'abavyeyi bacu bapfuye kera bagacika ivu!".	أَوَءَابَآؤُنَا ٱلْأَوَّلُونَ ﴿٤٨﴾
49. Ntumwa y'Imana! Bakurire inkoni ku gishitsi, maze ubishure uti: "Mu vy'ukuri, abapfuye kera hamwe n'abazopfa mu nyuma muri Bene Adamu;	قُلْ إِنَّ ٱلْأَوَّلِينَ وَٱلْءَاخِرِينَ ﴿٤٩﴾
50. Ni ukuri bose bazozuka, maze begeranirizwe hamwe ku musi nyezina w'izuka".	لَمَجْمُوعُونَ إِلَىٰ مِيقَٰتِ يَوْمٍ مَّعْلُومٍ ﴿٥٠﴾
51. Hanyuma rero ga bantu bahuvye inzira y'ukuri, bagahakana bivuye inyuma isezerano ry'Imana Allah;	ثُمَّ إِنَّكُمْ أَيُّهَا ٱلضَّآلُّونَ ٱلْمُكَذِّبُونَ ﴿٥١﴾
52. Ni ukuri, muzorya ku giti Zaqquumu kiri mu nyenga y'umuriro;	لَءَاكِلُونَ مِن شَجَرٍ مِّن زَقُّومٍ ﴿٥٢﴾
53. Maze ku kwicwa n'inzara, muzokiryako ku kwuzuza inda;	فَمَالِـُٔونَ مِنْهَا ٱلْبُطُونَ ﴿٥٣﴾
54. Muheze mushozeko n'amazi yasebuye akaryimara;	فَشَٰرِبُونَ عَلَيْهِ مِنَ ٱلْحَمِيمِ ﴿٥٤﴾
55. Muzoyanywa kenshi atabavuna akanyota, nka kurya kw'ingamiya inywa ntihere inyota ku burwayi;	فَشَٰرِبُونَ شُرْبَ ٱلْهِيمِ ﴿٥٥﴾
56. Ivyo bihano bateguriwe rero, ni yo nduhuro yabo ku musi w'iharurirwa n'impera.	هَٰذَا نُزُلُهُمْ يَوْمَ ٱلدِّينِ ﴿٥٦﴾
57. Bantu! Twebwe Allah, Twabaremye ata co mwari muri, Tubarema mu busa. Ubwo none, ntimwokwemera ko Dushoboye no kubazura inyuma yo gupfa!	نَحْنُ خَلَقْنَٰكُمْ فَلَوْلَا تُصَدِّقُونَ ﴿٥٧﴾
58. Mbega ntimuraba ngo mubone intanga musesera mu gitereko c'abagore banyu;	أَفَرَءَيْتُم مَّا تُمْنُونَ ﴿٥٨﴾
59. Ni mwebwe muheza mukaziremamwo umuntu, canke ni Twebwe Turema!	ءَأَنتُمْ تَخْلُقُونَهُۥٓ أَمْ نَحْنُ ٱلْخَٰلِقُونَ ﴿٥٩﴾
60. Twebwe Allah, umwe wese muri mwebwe, Twaramugeneye isango ryiwe ryo gupfa, ntitwonanirwa rero;	نَحْنُ قَدَّرْنَا بَيْنَكُمُ ٱلْمَوْتَ وَمَا نَحْنُ بِمَسْبُوقِينَ ﴿٦٠﴾
61. Kubarema ukundi ku musi w'izuka, maze Tukabarema ukuntu mutazi;	عَلَىٰٓ أَن نُّبَدِّلَ أَمْثَٰلَكُمْ وَنُنشِئَكُمْ فِى مَا لَا تَعْلَمُونَ ﴿٦١﴾
62. Ni ukuri, mwaramenye ko Imana Allah Yabaremye iremwa rya mbere ata co mwari muri. Ubwo none, ntimwokwibuka ko Ishoboye no kubarema bushasha!	وَلَقَدْ عَلِمْتُمُ ٱلنَّشْأَةَ ٱلْأُولَىٰ فَلَوْلَا تَذَكَّرُونَ ﴿٦٢﴾
63. Mbega murabona ivyo muteragira mu kurima!	أَفَرَءَيْتُم مَّا تَحْرُثُونَ ﴿٦٣﴾
64. Ni mwebwe mubinagisha bikagondora biva mu kuzimu, canke ni Twebwe Tubinagisha bikamera!	ءَأَنتُمْ تَزْرَعُونَهُۥٓ أَمْ نَحْنُ ٱلزَّٰرِعُونَ ﴿٦٤﴾

65. Iyo Dushaka rero, Twari kugira ivyo mwateragiye bigacika ubusize, maze mugasigara mwipfumbereje, mukumirwa muravye ivyashikiye ibiterwa vyanyu;	لَوْ نَشَآءُ لَجَعَلْنَٰهُ حُطَٰمًا فَظَلْتُمْ تَفَكَّهُونَ ﴿٦٥﴾
66. Mukavuga muti: "Mu vy'ukuri, turaguye mu gahombo katagira izina;	إِنَّا لَمُغْرَمُونَ ﴿٦٦﴾
67. Ahubwo mbere turabuze n'icotubeshaho!".	بَلْ نَحْنُ مَحْرُومُونَ ﴿٦٧﴾
68. Mbega, ntimuraba ngo mubone amazi munywa kugira mubeho!	أَفَرَءَيْتُمُ ٱلْمَآءَ ٱلَّذِى تَشْرَبُونَ ﴿٦٨﴾
69. Ni mwebwe muyamanura mu bicu maze hakagwa imvura kw'isi, canke ni Twebwe Allah Dutuma imvura igwa ku mpuhwe zacu!	ءَأَنتُمْ أَنزَلْتُمُوهُ مِنَ ٱلْمُزْنِ أَمْ نَحْنُ ٱلْمُنزِلُونَ ﴿٦٩﴾
70. Iyo Dushaka rero, Twari kuyagira amazi y'icunyunyu ku buryo mudashobora kuyakoresha mu kunywa no mu kuvomera ibiterwa vyanyu. Ubwo none, ntimwoshimira Imana Allah ku nema yo kuronswa amazi y'akanovera!	لَوْ نَشَآءُ جَعَلْنَٰهُ أُجَاجًا فَلَوْلَا تَشْكُرُونَ ﴿٧٠﴾
71. Mbega ntimuraba ngo mubone umucanwa mucana!	أَفَرَءَيْتُمُ ٱلنَّارَ ٱلَّتِى تُورُونَ ﴿٧١﴾
72. Ni mwebwe mwaremye igiti cawo, canke ni Twebwe Allah Twakiremye!	ءَأَنتُمْ أَنشَأْتُمْ شَجَرَتَهَآ أَمْ نَحْنُ ٱلْمُنشِـُٔونَ ﴿٧٢﴾
73. Twebwe Allah, Twabagiriye umucanwa kugira ubabere inkebuzo ibibutsa umuriro wa Jahannamu, no kugira ubere kirumara abari ku rugendo.	نَحْنُ جَعَلْنَٰهَا تَذْكِرَةً وَمَتَٰعًا لِّلْمُقْوِينَ ﴿٧٣﴾
74. Muvugishwamana! Ninahaza izina ry'Imana yawe Rurema Allah ku mazina yayo no ku matazirano yayo, Nyenicubahirogisumbavyose.	فَسَبِّحْ بِٱسْمِ رَبِّكَ ٱلْعَظِيمِ ﴿٧٤﴾
75. Jewe Allah, Ndarahiye ku bituro inyenyeri zirengerako mu kirere!	۞ فَلَآ أُقْسِمُ بِمَوَٰقِعِ ٱلنُّجُومِ ﴿٧٥﴾
76. Iyo rero mu vy'ukuri, ni indahiro koko iyo mumenya uburemere bwayo buhambaye;	وَإِنَّهُۥ لَقَسَمٌ لَّوْ تَعْلَمُونَ عَظِيمٌ ﴿٧٦﴾
77. Mu vy'ukuri, iyi Qor'ani yahishuriwe Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ni Qor'ani yubashwe, irimwo ubumenyi n'ivyiza vyinshi;	إِنَّهُۥ لَقُرْءَانٌ كَرِيمٌ ﴿٧٧﴾
78. Yanditswe mu Gitabu gicungerewe n'abamalayika ku Mana Allah, ahatabonwa n'ibiremwa;	فِى كِتَٰبٍ مَّكْنُونٍ ﴿٧٨﴾
79. Nta n'uwugikorako, kiretse abamalayika bubashwe bejejwe ivyaha. Eka mbere nta n'uwugikorako mu biremwa, kiretse abejejwe ibangikanyamana n'ibihumanya bituma umuntu yiyuhagira agatunganya n'isuku ryo gusenga.	لَّا يَمَسُّهُۥٓ إِلَّا ٱلْمُطَهَّرُونَ ﴿٧٩﴾
80. Iyi Qor'ani, yamanuwe ivuye ku Mana Rurema Allah Yaremye ibiremwa vyose.	تَنزِيلٌ مِّن رَّبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٨٠﴾
81. Mbega none ga babangikanyamana, ni iyi Qor'ani muhakana mwivuye inyuma!	أَفَبِهَٰذَا ٱلْحَدِيثِ أَنتُم مُّدْهِنُونَ ﴿٨١﴾

82. Maze mukagira ishimwa ry'inema z'Imana Allah, rikaba uguhakana mwivuye inyuma! وَتَجْعَلُونَ رِزْقَكُمْ أَنَّكُمْ تُكَذِّبُونَ ﴿٨٢﴾

83. Mbega burya igihe umuntu yoba ari ku mpfiro, umutima ugeze mu muhogo agira acikane; فَلَوْلَآ إِذَا بَلَغَتِ ٱلْحُلْقُومَ ﴿٨٣﴾

84. Na mwe mukaba ari ho mwibereye muraba ukuntu asambagirika, mwoshobora gutuma adacikana! Muranguha. وَأَنتُمْ حِينَئِذٍ تَنظُرُونَ ﴿٨٤﴾

85. Kandi rero muri ico gihe, Twebwe Allah Tubicishije ku bamalayika, Tuba Turi hafi yiwe cane kurusha uko mumwegereye, ariko rero mwebwe ntimubabona. وَنَحْنُ أَقْرَبُ إِلَيْهِ مِنكُمْ وَلَٰكِن لَّا تُبْصِرُونَ ﴿٨٥﴾

86. Mbega nimwaba mutazoharurirwa ngo muhemberwe ivyo mwakoze; فَلَوْلَآ إِن كُنتُمْ غَيْرَ مَدِينِينَ ﴿٨٦﴾

87. Murashobora gusubiza mu mubiri w'uwapfuye, inkomoko y'ubuzima "Roho" maze akaba muzima nimwaba muri imvugakuri! Muranguha. تَرْجِعُونَهَآ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٨٧﴾

88. Uwapfuye rero, iyo ari uwo mu bantu bahurumbira gukora ivyiza, batonye ku Mana Allah; فَأَمَّآ إِن كَانَ مِنَ ٱلْمُقَرَّبِينَ ﴿٨٨﴾

89. Igihe co gucikana, aba ari mu mpuhwe z'Imana Allah hamwe n'umunezero nta ngere; akazohabwa n'Ubwami bw'ijuru bwuzuye inema. فَرَوْحٌ وَرَيْحَانٌ وَجَنَّتُ نَعِيمٍ ﴿٨٩﴾

90. Iyo uwupfuye, ari uwo mu bantu b'iburyo naho; وَأَمَّآ إِن كَانَ مِنْ أَصْحَٰبِ ٱلْيَمِينِ ﴿٩٠﴾

91. Mu gihe co gucikana abwirwa ati: "Urakagira iteka n'itekane kuba uri mu bantu b'iburyo". فَسَلَٰمٌ لَّكَ مِنْ أَصْحَٰبِ ٱلْيَمِينِ ﴿٩١﴾

92. Iyo uwupfuye, ari mu bahakana bivuye inyuma izurwa ry'ibiremwa, bahuvye inzira y'ukuri; وَأَمَّآ إِن كَانَ مِنَ ٱلْمُكَذِّبِينَ ٱلضَّآلِّينَ ﴿٩٢﴾

93. Azokwakirwa mu muriro wa Jahannamu, aheze azimanwe amazi yasebuye akaryimara; فَنُزُلٌ مِّنْ حَمِيمٍ ﴿٩٣﴾

94. Maze yinjizwe mu muriro ururumba, aheze awote. وَتَصْلِيَةُ جَحِيمٍ ﴿٩٤﴾

95. Ntumwa y'Imana! Ibi Tukwiganiye, ni kwo kuri koko kudahinyuzwa. إِنَّ هَٰذَا لَهُوَ حَقُّ ٱلْيَقِينِ ﴿٩٥﴾

96. Muvugishwamana! Ninahaza izina ry'Imana yawe Rurema Allah ku mazina yayo no ku matazirano yayo, Nyenicubahirogisumbavyose. فَسَبِّحْ بِٱسْمِ رَبِّكَ ٱلْعَظِيمِ ﴿٩٦﴾

57. Al-Hadiid (Icuma)
Aayah 29, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ibiri mu majuru no mw'isi vyose biraninahaza Imana Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora; سَبَّحَ لِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۖ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿١﴾

لَهُۥ مُلۡكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ يُحۡيِۦ وَيُمِيتُۖ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٌ ٢

2. Nyenubwami, Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo, Itanga ubuzima Ikanabwaka. Ni na Yo rero Mushoboravyose.

هُوَ ٱلۡأَوَّلُ وَٱلۡأٓخِرُ وَٱلظَّٰهِرُ وَٱلۡبَاطِنُۖ وَهُوَ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٌ ٣

3. Ni Yo rero Uwintango, Yabayeho hatarabaho n'ikintu na kimwe; Uwuhoraho-Wiherezo Izokwamaho, Rwigaragaza Iri hejuru ya vyose; Rwihisha Iri hafi y'ibiremwa ata na kimwe muri vyo kiyihisha, Itanabonwa n'amaso yavyo ng'aha kwisi. Ni na Yo rero Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibikorwa vy'ibiremwa.

هُوَ ٱلَّذِي خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَ فِي سِتَّةِ أَيَّامٖ ثُمَّ ٱسۡتَوَىٰ عَلَى ٱلۡعَرۡشِۖ يَعۡلَمُ مَا يَلِجُ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَمَا يَخۡرُجُ مِنۡهَا وَمَا يَنزِلُ مِنَ ٱلسَّمَآءِ وَمَا يَعۡرُجُ فِيهَاۖ وَهُوَ مَعَكُمۡ أَيۡنَ مَا كُنتُمۡۚ وَٱللَّهُ بِمَا تَعۡمَلُونَ بَصِيرٞ ٤

4. Ni Yo Yaremye amajuru indwi n'isi n'ibiri hagati yavyo mu misi itandatu, hanyuma Iraheza Irahangama hejuru y'ibiremwa vyose ku Buhangamo bwayo "Al'Arsh" mu buryo buberanye n'icubahiro cayo; Irazi neza ibinyikira mw'isi nk'amama y'imvura n'ibindi[1]; ibiva mw'isi nk'ibimera, ubutare n'amazi n'ibindi; ibimanuka biva mw'ijuru nk'imvura, abamalayika n'Ibitabu, n'ibindi; ibiduga bija mw'ijuru nk'abamalayika, ibikorwa vy'ibiremwa, n'ibindi; kandi Yamye Iri kumwe na mwe ku bumenyi bwayo aho muri hose. Ni na Yo rero Ibona neza ivyo mukora, Nyenukubona.

لَهُۥ مُلۡكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۚ وَإِلَى ٱللَّهِ تُرۡجَعُ ٱلۡأُمُورُ ٥

5. Nyenubwami, Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo. Kandi ibiremwa vyose bizosubira kuri Yo, kugira Ihembe kimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye.

يُولِجُ ٱلَّيۡلَ فِي ٱلنَّهَارِ وَيُولِجُ ٱلنَّهَارَ فِي ٱلَّيۡلِۚ وَهُوَ عَلِيمُۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ٦

6. Yinjiza igice c'ijoro mu murango, maze umurango ukaba muremure; Ikinjiza igice c'umurango mw'ijoro, maze ijoro rikaba rirerire. Ni Yo rero Izi n'ibihishijwe mu mishaha.

ءَامِنُواْ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَأَنفِقُواْ مِمَّا جَعَلَكُم مُّسۡتَخۡلَفِينَ فِيهِۖ فَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مِنكُمۡ وَأَنفَقُواْ لَهُمۡ أَجۡرٞ كَبِيرٞ ٧

7. Bantu! Nimwemere Imana Allah n'Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), muheze mutange no mu vyo Imana Allah Ibakurakuranyako mu matungo. Bantu! Burya abemeye vy'ukuri muri mwebwe, bakanatanga mu matungo yabo, bazoronka impembo nta ngere.

وَمَا لَكُمۡ لَا تُؤۡمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلرَّسُولُ يَدۡعُوكُمۡ لِتُؤۡمِنُواْ بِرَبِّكُمۡ وَقَدۡ أَخَذَ مِيثَٰقَكُمۡ إِن كُنتُم مُّؤۡمِنِينَ ٨

8. Mbega mwafashwe n'igiki gituma mutemera Imana Imwe Rudende Allah ngo mwubahirize n'amabwirizwa yayo, kandi Intumwa yayo ibararikira kwemera Imana yanyu Rurema Allah! Kanatsinda Imana Allah, Yarafashe isezerano ryanyu ko muyemera nimwaba koko mwemera ko ari Yo Yabaremye.

هُوَ ٱلَّذِي يُنَزِّلُ عَلَىٰ عَبۡدِهِۦٓ ءَايَٰتِۭ بَيِّنَٰتٖ لِّيُخۡرِجَكُم مِّنَ ٱلظُّلُمَٰتِ إِلَى ٱلنُّورِۚ وَإِنَّ ٱللَّهَ بِكُمۡ لَرَءُوفٞ رَّحِيمٞ ٩

9. Ni Yo Imanurira Umuja wayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) Aayah zitomoye za Qor'ani, kugira Ibakure mu muzimagiza w'ubugarariji, Ibashire mu muco w'ukwemera. Mu vy'ukuri Imana Allah

[1] Nk'abapfuye n'ibindi bitagira ubuzima.

kuri mwebwe, ni Nyenikigongwe, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَمَا لَكُمْ أَلَّا تُنفِقُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَلِلَّهِ مِيرَٰثُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ لَا يَسْتَوِي مِنكُم مَّنْ أَنفَقَ مِن قَبْلِ ٱلْفَتْحِ وَقَٰتَلَ ۚ أُوْلَٰٓئِكَ أَعْظَمُ دَرَجَةً مِّنَ ٱلَّذِينَ أَنفَقُواْ مِنۢ بَعْدُ وَقَٰتَلُواْ ۚ وَكُلًّا وَعَدَ ٱللَّهُ ٱلْحُسْنَىٰ ۚ وَٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ خَبِيرٌ ﴿١٠﴾

10. Mbega mwafashwe n'igiki kibabuza gutanga mu nzira y'Imana Allah, kandi ari Yo Mwami w'abami Ikaba na Samuragwa w'amajuru n'isi n'ibiri muri vyo vyose igihe ibiremwa vyose bizoba vyahonye! Abatanze muri mwebwe bakanarwanira Imana Allah imbere y'ihabuzwa rya Makka, ntibashobora kunganya indishi n'abakoze ivyo mu nyuma y'iryo habuzwa. Ababikoze imbere y'iryo habuzwa, ni bo bafise icubahiro gihambaye ku Mana Allah gisumba ic'ababikoze mu nyuma y'aho. Hamwe n'iryo tandukaniro mu cubahiro rero, umwe wese muri iyo migwi yompi, Imana Allah Yamusezeraniye Ubwami bw'ijuru. Burya Imana Allah, ivyo mukora vyose Irabizi, ni Yo Muhetuziwavyose, Izohembera umwumwe wese ku rugero rw'ivyo yakoze.

مَّن ذَا ٱلَّذِي يُقْرِضُ ٱللَّهَ قَرْضًا حَسَنًا فَيُضَٰعِفَهُۥ لَهُۥ وَلَهُۥٓ أَجْرٌ كَرِيمٌ ﴿١١﴾

11. Ni nde Yotanga mu nzira y'Imana Allah ata kwihaya ata n'agashinyaguro, maze Imana Allah Ikamugwiriza indishi incuro nyinshi, Ikazonamuha impembo yubashwe kandi yamaho y'Ubwami bw'ijuru!

يَوْمَ تَرَى ٱلْمُؤْمِنِينَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتِ يَسْعَىٰ نُورُهُم بَيْنَ أَيْدِيهِمْ وَبِأَيْمَٰنِهِم بُشْرَىٰكُمُ ٱلْيَوْمَ جَنَّٰتٌ تَجْرِي مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا ۚ ذَٰلِكَ هُوَ ٱلْفَوْزُ ٱلْعَظِيمُ ﴿١٢﴾

12. Umusi wabonye abemeramana n'abemeramanakazi barongowe n'umuco uri imbere n'iburyo bwabo, mu gihe co kurengana ku kiraro kigororotse gitambitswe hejuru y'umuriro "Swiraatw[1]", bamara kurengana, bakabwirwa bati: "Nimuhimbarwe kuri uno musi ku kwinjira mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, muzoyibamwo ibihe bidahera". Iyo rero, ni yo ntsinzi ihambaye;

يَوْمَ يَقُولُ ٱلْمُنَٰفِقُونَ وَٱلْمُنَٰفِقَٰتُ لِلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱنظُرُونَا نَقْتَبِسْ مِن نُّورِكُمْ قِيلَ ٱرْجِعُواْ وَرَآءَكُمْ فَٱلْتَمِسُواْ نُورًا ۖ فَضُرِبَ بَيْنَهُم بِسُورٍ لَّهُۥ بَابٌۢ بَاطِنُهُۥ فِيهِ ٱلرَّحْمَةُ وَظَٰهِرُهُۥ مِن قِبَلِهِ ٱلْعَذَابُ ﴿١٣﴾

13. Umusi indyarya n'indyaryakazi zabwiye abemeye mu gihe co kurengana kuri nya kiraro ziti: "Nimuturindire yemwe turabe ko twokwabura ku muco wanyu", maze abamalayika bace bazibwira mw'itebura n'akantu bati: "Nimusubire inyuma maze murondererey o umuco wanyu". Ubwo nyene hace hashingwa uruzitiro rutandukanya abemeramana n'indyarya, rufise umuryango; ku ruhande rwawo rw'imbere ahari abemeramana, habe hari impuhwe nsa; ku rundi ruhande rwawo ahari indyarya na ho, habe hari ibihano bisa;

[1] "Swiraatw", ni ikiraro kizotambikwa hejuru y'umuriro, kugira abemeramana n'abemeramanakazi barengane bagana mu Bwami bw'ijuru. Uko giteye, ni nk'uko vyavuzwe n'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iti: "Ni akayira kanyerera cane, kanyereza igiciyeko, kariko ubunyabuhoro, n'ivyuma bisongoye nk'icumu ry'ingobe, bikazibura nk'amahwa y'igiti citwa "sa'daani", bicakira uwurenganye. Nya kayira gafise intimba nto cane nk'umushatsi canke ubugi bw'umupanga". Yashikirijwe na Muslimu.

14. Nya ndyarya ziheze zihamagare abemeramana ziti: “Ntitwari kumwe kw’isi, dukora nk’ivyo mukora!”. Abemeramana bazishure bati: “Egome! Mwari kumwe na twe, ariko rero ni mwebwe nyene mwihoneje mu kwiyorobeka mu buryarya bwanyu, mutega Intumwa n’abemeramana imisi y’ivyago, mugira n’amakenga kw’izurwa ry’ibiremwa, muhendwa n’ivyipfuzo vyanyu, ko Imana Allah Itazi ibiri mu mishaha yanyu, maze mubandanya ukwo gushika gupfa, shetani na yo ibibagiza ukwemera Imana vy’ukuri;

يُنَادُونَهُمْ أَلَمْ نَكُن مَّعَكُمْ ۖ قَالُوا۟ بَلَىٰ وَلَٰكِنَّكُمْ فَتَنتُمْ أَنفُسَكُمْ وَتَرَبَّصْتُمْ وَٱرْتَبْتُمْ وَغَرَّتْكُمُ ٱلْأَمَانِىُّ حَتَّىٰ جَآءَ أَمْرُ ٱللَّهِ وَغَرَّكُم بِٱللَّهِ ٱلْغَرُورُ ﴿١٤﴾

15. Mwa ndyarya mwe! Kuri uno musi rero, nta cigombozo cemerwa ngo mwibohore mu bihano vy’Imana Allah, eka mbere n’abagararije Imana Allah n’Intumwa yayo, ni ukwo nyene. Ubushikiro bwanyu mwese ni mu muriro, ni wo mukwiye, ni na yo maherezo mabi cane”.

فَٱلْيَوْمَ لَا يُؤْخَذُ مِنكُمْ فِدْيَةٌ وَلَا مِنَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ ۚ مَأْوَىٰكُمُ ٱلنَّارُ ۖ هِىَ مَوْلَىٰكُمْ ۖ وَبِئْسَ ٱلْمَصِيرُ ﴿١٥﴾

16. Mbega, ntiharagera ku bemeye Imana Allah n’Intumwa yayo bakubahiriza n’amabwirizwa yayo, ko imitima yabo yoroshwa n’iyibutswa ry’Imana Allah no kwumviriza Qor’ani, gutyo ntibagire agatimatare nk’ak’abahawe Igitabu hambere yabo mu bayahudi n’abanaswara, bo haciye ikiringo kirekire hagati yabo n’Intumwa barungikiwe, bagaca bahindagura amajambo y’Imana Allah, maze imitima yabo na yo ku butumva bwabo, icika nk’ibuye ry’urutare! Kandi abenshi muri bo, ni ibigaba birenga ku mabwirizwa y’Imana Allah[1].

۞ أَلَمْ يَأْنِ لِلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ أَن تَخْشَعَ قُلُوبُهُمْ لِذِكْرِ ٱللَّهِ وَمَا نَزَلَ مِنَ ٱلْحَقِّ وَلَا يَكُونُوا۟ كَٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ مِن قَبْلُ فَطَالَ عَلَيْهِمُ ٱلْأَمَدُ فَقَسَتْ قُلُوبُهُمْ ۖ وَكَثِيرٌ مِّنْهُمْ فَٰسِقُونَ ﴿١٦﴾

17. Bantu! Nimumenye rero ko Imana Allah Itotahaza isi hakoreshejwe amazi y’imvura, inyuma yo kugaduka igacika ubukumbagare, Ishoboye kworosha n’imitima no kuzura abapfuye. Ni ukuri Twebwe Allah, Twabatomoreye Aayah n’ivyemezo vyerekana ubushobozi n’ububasha vyacu kugira mutegere, muheze mwikebuke.

ٱعْلَمُوٓا۟ أَنَّ ٱللَّهَ يُحْىِ ٱلْأَرْضَ بَعْدَ مَوْتِهَا ۚ قَدْ بَيَّنَّا لَكُمُ ٱلْءَايَٰتِ لَعَلَّكُمْ تَعْقِلُونَ ﴿١٧﴾

18. Mu vy’ukuri, abatanga imperezwa mu bagore n’abagabo, bakanatanga no mu nzira y’Imana Allah ata kwihaya ata n’agashinyaguro, Imana Allah Ibagwiriza indishi incuro nyinshi, Ikazonabaha impembo yubashwe kandi yamaho y’Ubwami bw’ijuru.

إِنَّ ٱلْمُصَّدِّقِينَ وَٱلْمُصَّدِّقَٰتِ وَأَقْرَضُوا۟ ٱللَّهَ قَرْضًا حَسَنًا يُضَٰعَفُ لَهُمْ وَلَهُمْ أَجْرٌ كَرِيمٌ ﴿١٨﴾

19. Na barya bemeye Imana Allah n’Intumwa zayo hanyuma ntibavangura hagati yazo, abo ni bo mvugakuri bemeye vy’ukuri mu mvugo n’ingiro; n’abapfiriye Imana Allah bazoronka ku Mana yabo Rurema Allah indishi nyinshi n’umuco uhambaye ku musi w’izuka. Nayo

وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ بِٱللَّهِ وَرُسُلِهِۦٓ أُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلصِّدِّيقُونَ ۖ وَٱلشُّهَدَآءُ عِندَ رَبِّهِمْ لَهُمْ

[1] Iyi Aayah, ihimiriza abemeramana ko bakwiye kwinengesera bakorosha umutima mu gihe co kwumviriza Qor’ani n’inyigisho z’intumwa, maze muri ico gihe bakiyubara gutebura no kugira agatimatare nk’abahawe Igitabu, ari na vyo bitera ubugaba bwo kurenga ku mabwirizwa y’Imana Allah.

abagararije bagahakana bivuye inyuma Aayah n'ivyemezo vyacu, abo ni bo bantu rero bo mu muriro ururumba.

أَجۡرُهُمۡ وَنُورُهُمۡۖ وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَكَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَآ أُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلۡجَحِيمِ ١٩

20. Bantu! Nimumenye ko ubuzima bwo kw'isi kenshi na kenshi ari ubufyinyi, ugusamazwa n'ibihendamaso, ugushariza, ukwihayagiza hagati yanyu hamwe rero no kurusharushanya mu kwegeranya amatungo no kuvyara abana. Akarorero k'ivyo vyose, ni nka kurya kw'imvura iguye, maze itotahara ry'ibiterwa rigahimbara abarimyi; mu nyuma nya biterwa bigakaba, ukabona vyahindutse umuhondo, hanyuma bikuma bikavungagurika. Mu buzima bw'inyuma yo gupfa rero, abagararije bazohabwa ibihano bikaze; abemeramana na bo, bagumirizwe akabanga ku vyaha vyabo ntibabihanirwe, bishimirwe n'Imana Allah. Burya ubuzima bwo kw'isi, si ikindi kiretse ko ari ibihendamaso vyo kuryoherwa gato, ntibukabahende rero.

ٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّمَا ٱلۡحَيَوٰةُ ٱلدُّنۡيَا لَعِبٞ وَلَهۡوٞ وَزِينَةٞ وَتَفَاخُرُۢ بَيۡنَكُمۡ وَتَكَاثُرٞ فِي ٱلۡأَمۡوَٰلِ وَٱلۡأَوۡلَٰدِۖ كَمَثَلِ غَيۡثٍ أَعۡجَبَ ٱلۡكُفَّارَ نَبَاتُهُۥ ثُمَّ يَهِيجُ فَتَرَىٰهُ مُصۡفَرّٗا ثُمَّ يَكُونُ حُطَٰمٗاۖ وَفِي ٱلۡأٓخِرَةِ عَذَابٞ شَدِيدٞ وَمَغۡفِرَةٞ مِّنَ ٱللَّهِ وَرِضۡوَٰنٞۚ وَمَا ٱلۡحَيَوٰةُ ٱلدُّنۡيَآ إِلَّا مَتَٰعُ ٱلۡغُرُورِ ٢٠

21. Bantu! Nimuhurumbire ukwigaya ku Mana Allah, muheze mwigire kure y'ivyaha, bizotuma mugumirizwa n'Imana yanyu Rurema Allah akabanga ku vyaha vyanyu, maze ntimubihanirwe, Iheze Ibahembe Ubwami bw'ijuru, ubwaguke bwabwo, ni nka kurya kw'ubwaguke bw'ijuru n'isi. Ubwo Bwami bukaba bwateguriwe abemeye Imana Imwe Rudende Allah, bagakurikira n'Intumwa zayo. Iyo rero, ni impano y'Imana Allah Iha uwo Ishatse mu biremwa ku mpuhwe zayo. Burya Imana Allah, ni Nyenubugwaneza, Nyeningabirano zihambaye.

سَابِقُوٓاْ إِلَىٰ مَغۡفِرَةٖ مِّن رَّبِّكُمۡ وَجَنَّةٍ عَرۡضُهَا كَعَرۡضِ ٱلسَّمَآءِ وَٱلۡأَرۡضِ أُعِدَّتۡ لِلَّذِينَ ءَامَنُواْ بِٱللَّهِ وَرُسُلِهِۦۚ ذَٰلِكَ فَضۡلُ ٱللَّهِ يُؤۡتِيهِ مَن يَشَآءُۚ وَٱللَّهُ ذُو ٱلۡفَضۡلِ ٱلۡعَظِيمِ ٢١

22. Bantu! Nta kiza kibashikira kw'isi mu vyo mwimbuye; canke kikabashikira mu ndwara, amapfa, ubukene no kubura abanyu, kiretse ko kiba canditswe mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudhw". Mu vy'ukuri, ivyo biroroshe cane ku Mana Allah.

مَآ أَصَابَ مِن مُّصِيبَةٖ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَلَا فِيٓ أَنفُسِكُمۡ إِلَّا فِي كِتَٰبٖ مِّن قَبۡلِ أَن نَّبۡرَأَهَآۚ إِنَّ ذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ يَسِيرٞ ٢٢

23. Ivyo rero mukwiye kubimenya, kugira ntimwicwe n'intuntu ku vyabacitse kw'isi, no kugira ivyo muronkejwe n'Imana Allah ntibibatere ubwishime n'amanyama. Burya Imana Allah, ntikunda namba abagira amanyama ku vyo bahawe, bakishima ku bandi;

لِّكَيۡلَا تَأۡسَوۡاْ عَلَىٰ مَا فَاتَكُمۡ وَلَا تَفۡرَحُواْ بِمَآ ءَاتَىٰكُمۡۗ وَٱللَّهُ لَا يُحِبُّ كُلَّ مُخۡتَالٖ فَخُورٍ ٢٣

24. Abagira amanyama bakishima ku bandi, ni barya baba ingumyi maze ntibatange mu nzira y'Imana Allah, bagaheza bakabwiriza n'abandi mu kubahimiriza kuba ingumyi. Uwugenjeje umugongo mu kutumvira Imana Allah, nta co azokwicira Imana Allah, kiretse ko inkurikizi mbi zizomugarukako we nyene. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Uwikenuye Yikenuye muri vyose; Nyenugushimwa,

ٱلَّذِينَ يَبۡخَلُونَ وَيَأۡمُرُونَ ٱلنَّاسَ بِٱلۡبُخۡلِۗ وَمَن يَتَوَلَّ فَإِنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلۡغَنِيُّ ٱلۡحَمِيدُ ٢٤

Ishimwa ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo mu bihe vyose.

لَقَدْ أَرْسَلْنَا رُسُلَنَا بِٱلْبَيِّنَٰتِ وَأَنزَلْنَا مَعَهُمُ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْمِيزَانَ لِيَقُومَ ٱلنَّاسُ بِٱلْقِسْطِ ۖ وَأَنزَلْنَا ٱلْحَدِيدَ فِيهِ بَأْسٌ شَدِيدٌ وَمَنَٰفِعُ لِلنَّاسِ وَلِيَعْلَمَ ٱللَّهُ مَن يَنصُرُهُۥ وَرُسُلَهُۥ بِٱلْغَيْبِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ قَوِىٌّ عَزِيزٌ ﴿٢٥﴾

25. Ni ukuri Twebwe Allah, Twarungitse Intumwa zacu zibangikanije ivyemezo bitomoye; Tuzimanurira n'Ibitabu birimwo amabwirizwa; Tumanura n'umunzani werekana ubutungane nya butungane, kugira abantu babeho bubahiriza ubutungane hagati yabo; Tumanura n'icuma rero gifise ubukomezi nta ngere, kikagira n'ibintu vyinshi ngirakamaro ku bantu. Ivyo vyose, kwari ukugira Imana Allah Yerekane ku vyo Isanzwe Izi, uwuharanira idini ryayo agatabara n'Intumwa zayo atarigera ayibona n'amaso. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyeninguvu, Nyenintsinzi-Mutaneshwa.

وَلَقَدْ أَرْسَلْنَا نُوحًا وَإِبْرَٰهِيمَ وَجَعَلْنَا فِى ذُرِّيَّتِهِمَا ٱلنُّبُوَّةَ وَٱلْكِتَٰبَ ۖ فَمِنْهُم مُّهْتَدٍ ۖ وَكَثِيرٌ مِّنْهُمْ فَٰسِقُونَ ﴿٢٦﴾

26. Ni ukuri, Twaranarungitse Nuhu na Ibrahimu ku bantu babo, maze Tugira no mu ruvyaro rwabo Abavugishwamana Tubaha n'Ibitabu. Muri nya ruvyaro rwabo rero, harimwo umugororotsi, abenshi muri bo bakaba ari ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

ثُمَّ قَفَّيْنَا عَلَىٰٓ ءَاثَٰرِهِم بِرُسُلِنَا وَقَفَّيْنَا بِعِيسَى ٱبْنِ مَرْيَمَ وَءَاتَيْنَٰهُ ٱلْإِنجِيلَ ۙ وَجَعَلْنَا فِى قُلُوبِ ٱلَّذِينَ ٱتَّبَعُوهُ رَأْفَةً وَرَحْمَةً ۚ وَرَهْبَانِيَّةً ٱبْتَدَعُوهَا مَا كَتَبْنَٰهَا عَلَيْهِمْ إِلَّا ٱبْتِغَآءَ رِضْوَٰنِ ٱللَّهِ فَمَا رَعَوْهَا حَقَّ رِعَايَتِهَا ۖ فَـَٔاتَيْنَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ مِنْهُمْ أَجْرَهُمْ ۖ وَكَثِيرٌ مِّنْهُمْ فَٰسِقُونَ ﴿٢٧﴾

27. Mu nyuma y'irungikwa rya Nuhu na Ibrahimu, Twakurikije izindi Ntumwa zacu, maze Dukurikiza irungikwa rya Isa mwene Mariyamu, maze Tumuha n'Injili, Turaheza Dushira mu mitima y'abamukurikiye ikigongwe n'impuhwe, bakaba barakundana koko. Mu nyuma, badukanye ukwihebera Imana Allah mu buryo bw'indenzarugero, eka mbere ntitwigeze Tubibategeka, bavyadukanye mu ntumbero ngo yo gushimisha Imana Allah, ariko ntibavyubahirije ukuri kwo kuvyubahiriza, Turaheza rero Duha abemeye Imana Allah n'Intumwa zayo muri bo, indishi yabo hisunzwe ukwemera kwabo, abenshi muri bo ni ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَءَامِنُوا۟ بِرَسُولِهِۦ يُؤْتِكُمْ كِفْلَيْنِ مِن رَّحْمَتِهِۦ وَيَجْعَل لَّكُمْ نُورًا تَمْشُونَ بِهِۦ وَيَغْفِرْ لَكُمْ ۚ وَٱللَّهُ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٢٨﴾

28. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo! Nimushishikare kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah no kwemera Intumwa yayo, Imana Allah Izoheza Ibahe impuhwe zayo zigwijwe kabiri, Yongere Ibahe n'umuco mugenderako mu bugororotsi bwanyu, Ibagumirize n'akabanga ku vyaha vyanyu ntimubihanirwe. Burya Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

لِّئَلَّا يَعْلَمَ أَهْلُ ٱلْكِتَٰبِ أَلَّا يَقْدِرُونَ عَلَىٰ شَىْءٍ مِّن فَضْلِ ٱللَّهِ وَأَنَّ ٱلْفَضْلَ بِيَدِ ٱللَّهِ يُؤْتِيهِ مَن يَشَآءُ ۚ وَٱللَّهُ ذُو ٱلْفَضْلِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٢٩﴾

29. Bemeramana! Imana Allah Yabahaye ivyo vyose, kugira abahawe Igitabu batemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bamenye, ko ata co bashoboye kwiha canke kubuza ko gishikira uwundi mu mpano z'Imana Allah, n'uko mu vy'ukuri impano zose ziri mu minwe y'Imana Allah, Izihereza uwo

Ishatse mu baja bayo. Burya Imana Allah, ni Nyenubugwaneza, Nyeningabirano zihambaye.

58. Al-Mujaadala (Uguharira)
Aayah 22, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ni ukuri Imana Allah, Yaramaze kwumva ijambo ry'umupfasoni Khaula umukobwa wa Tha'laba, akubazagiza ku ngingo yo kuziririzwa n'umugabo wiwe Awsi mwene Swaamit, amurega ku Mana Allah. Imana Allah na Yo, Irumva ivyo muganira. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenukwumva, Nyenukubona.

قَدْ سَمِعَ ٱللَّهُ قَوْلَ ٱلَّتِى تُجَٰدِلُكَ فِى زَوْجِهَا وَتَشْتَكِىٓ إِلَى ٱللَّهِ وَٱللَّهُ يَسْمَعُ تَحَاوُرَكُمَآ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ سَمِيعٌۢ بَصِيرٌ ﴿١﴾

2. Abaziririza muri mwebwe abakenyezi babo mu kuvuga bati: "Wewe kuri jewe, uri ikizira nka mawe yamvyaye", abakenyezi babo si ba nyina na gato, ba nyina babo ni ababibarutse. Mu vy'ukuri, bavuga ijambo ribi, ni ikinyoma ceruye. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Nyenuguhariribicumuro, Nyenimbabazi-ntangere.

ٱلَّذِينَ يُظَٰهِرُونَ مِنكُم مِّن نِّسَآئِهِم مَّا هُنَّ أُمَّهَٰتِهِمْ ۖ إِنْ أُمَّهَٰتُهُمْ إِلَّا ٱلَّٰٓـِٔى وَلَدْنَهُمْ ۚ وَإِنَّهُمْ لَيَقُولُونَ مُنكَرًا مِّنَ ٱلْقَوْلِ وَزُورًا ۚ وَإِنَّ ٱللَّهَ لَعَفُوٌّ غَفُورٌ ﴿٢﴾

3. Abaziririza abakenyezi babo nka ba nyina, hanyuma bakisubirako bakagumana na bo, icuhagizo (igihano) c'ukubazirura, ni uguha ubwigenge umugurano imbere yuko basubira kurangurana amabanga y'abubatse. Iryo, ni ryo tegeko muhawe. Imana Allah, ni Yo Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mukora.

وَٱلَّذِينَ يُظَٰهِرُونَ مِن نِّسَآئِهِمْ ثُمَّ يَعُودُونَ لِمَا قَالُوا۟ فَتَحْرِيرُ رَقَبَةٍ مِّن قَبْلِ أَن يَتَمَآسَّا ۚ ذَٰلِكُمْ تُوعَظُونَ بِهِۦ ۚ وَٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ خَبِيرٌ ﴿٣﴾

4. Uwutazoronka uyo mugurano, aripfunga amezi abiri akurikirana imbere yuko barangurana amabanga y'abubatse. Uwutabishoboye na we, arafungurira abakene mirongo itandatu. Iryo tegeko ryorohejwe, kugira ngo mwemere Imana Allah n'Intumwa yayo. Izo rero, ni imbibe ntarengwa z'amabwirizwa y'ibitegetswe n'Imana Allah, ntimukayarengeko. Abagarariza mu kuyahakana bivuye inyuma, barategekanirijwe ibihano bibabaza ku musi w'izuka.

فَمَن لَّمْ يَجِدْ فَصِيَامُ شَهْرَيْنِ مُتَتَابِعَيْنِ مِن قَبْلِ أَن يَتَمَآسَّا ۖ فَمَن لَّمْ يَسْتَطِعْ فَإِطْعَامُ سِتِّينَ مِسْكِينًا ۚ ذَٰلِكَ لِتُؤْمِنُوا۟ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ ۚ وَتِلْكَ حُدُودُ ٱللَّهِ ۗ وَلِلْكَٰفِرِينَ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٤﴾

5. Mu vy'ukuri, abarwanya Imana Allah n'Intumwa yayo mu kurenga ku mabwirizwa, bazoteterezwa nk'uko ab'aho hambere yabo bateterejwe. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaramanuye Aayah zitomoye zerekana ko amabwirizwa y'Imana Allah ari kwo kuri. Nayo abagarariza mu kuzihakana bivuye inyuma, barategekanirijwe ibihano bisuzuguza.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يُحَآدُّونَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ كُبِتُوا۟ كَمَا كُبِتَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ ۚ وَقَدْ أَنزَلْنَآ ءَايَٰتٍۭ بَيِّنَٰتٍ ۚ وَلِلْكَٰفِرِينَ عَذَابٌ مُّهِينٌ ﴿٥﴾

6. Ntumwa y'Imana! Ibuka umusi Imana Allah Yazuye abantu bose Ikabakoraniriza hamwe, hanyuma Ikabamenyesha ivyo bakoze kw'isi.

يَوْمَ يَبْعَثُهُمُ ٱللَّهُ جَمِيعًا فَيُنَبِّئُهُم بِمَا عَمِلُوٓا۟ ۚ

أَحْصَىٰهُ ٱللَّهُ وَنَسُوهُۚ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَيْءٍ شَهِيدٌ ۝٦

Imana Allah, Yarabibungabunze mu kuvyandika mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudhw" hamwe rero no mu bitabu vyabo, mu gihe bo bamaze kuvyibagira. Burya Imana Allah, ni Yo Cabona ku kintu ico ari co cose.

أَلَمْ تَرَ أَنَّ ٱللَّهَ يَعْلَمُ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلْأَرْضِۖ مَا يَكُونُ مِن نَّجْوَىٰ ثَلَٰثَةٍ إِلَّا هُوَ رَابِعُهُمْ وَلَا خَمْسَةٍ إِلَّا هُوَ سَادِسُهُمْ وَلَآ أَدْنَىٰ مِن ذَٰلِكَ وَلَآ أَكْثَرَ إِلَّا هُوَ مَعَهُمْ أَيْنَ مَا كَانُواْۖ ثُمَّ يُنَبِّئُهُم بِمَا عَمِلُواْ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِۚ إِنَّ ٱللَّهَ بِكُلِّ شَيْءٍ عَلِيمٌ ۝٧

7. Mbega, ntiwamenye yuko Imana Allah Izi neza ibiri mw'ijuru n'ibiri mw'isi! Nta bongorerana ari batatu, kiretse ko Imana Allah Iba ari iya kane. Nta na batanu bongorerana, kiretse ko Iba ari iya gatandatu. Eka nta n'abongorerana bari musi y'ico gitigiri canke kirenga, kiretse ko Iba Iri kumwe na bo aho bari hose. Hanyuma, Izobamenyesha ivyo bakoze vyose ku musi w'izuka, kugira ngo bemange, maze Ibahe indishi bakwiranye. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose.

أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ نُهُواْ عَنِ ٱلنَّجْوَىٰ ثُمَّ يَعُودُونَ لِمَا نُهُواْ عَنْهُ وَيَتَنَٰجَوْنَ بِٱلْإِثْمِ وَٱلْعُدْوَٰنِ وَمَعْصِيَتِ ٱلرَّسُولِۖ وَإِذَا جَآءُوكَ حَيَّوْكَ بِمَا لَمْ يُحَيِّكَ بِهِ ٱللَّهُ وَيَقُولُونَ فِيٓ أَنفُسِهِمْ لَوْلَا يُعَذِّبُنَا ٱللَّهُ بِمَا نَقُولُۚ حَسْبُهُمْ جَهَنَّمُ يَصْلَوْنَهَاۖ فَبِئْسَ ٱلْمَصِيرُ ۝٨

8. Ntumwa y'Imana! Mbega, ntiwabonye ababujijwe kwongorerana, mu nyuma basubira gukora ivyo babujijwe, bakongorerana mu vyaha n'akarenganyo, no mu guca kubiri n'Intumwa y'Imana! Iyo baje, bakuramutsa (ngo muragahona) indamutso utaramutswa n'Imana Allah, bavuga mu mitima yabo bati: "Imana Allah, niduhane rero ku vyo tuvuga nimba Muhamadi ari Intumwa vy'ukuri!". Barakwiye umuriro wa Jahannamu, bazowinjiramwo. Ubwo, ni bwo bushikiro bubi.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا تَنَٰجَيْتُمْ فَلَا تَتَنَٰجَوْاْ بِٱلْإِثْمِ وَٱلْعُدْوَٰنِ وَمَعْصِيَتِ ٱلرَّسُولِ وَتَنَٰجَوْاْ بِٱلْبِرِّ وَٱلتَّقْوَىٰۖ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ ٱلَّذِيٓ إِلَيْهِ تُحْشَرُونَ ۝٩

9. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Iyo mwongoreranye, ntimukongorerane mu bibata mu vyaha n'akarenganyo, no mu guca kubiri n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Murongorerana mu vyotuma mwubaha mukubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah, muheze rero mutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo; kuri Yo, ni ho muzokwegeranirizwa.

إِنَّمَا ٱلنَّجْوَىٰ مِنَ ٱلشَّيْطَٰنِ لِيَحْزُنَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَلَيْسَ بِضَآرِّهِمْ شَيْـًٔا إِلَّا بِإِذْنِ ٱللَّهِۚ وَعَلَى ٱللَّهِ فَلْيَتَوَكَّلِ ٱلْمُؤْمِنُونَ ۝١٠

10. Mu vy'ukuri kwongorerana, ni inyoshambi za shetani, kugira ngo abemeramana bicwe n'intuntu. Ariko nta co zizobagira, kiretse ku bushake bw'Imana Allah. Abemeramana rero, nibishimikize Imana Allah bayizere.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا قِيلَ لَكُمْ تَفَسَّحُواْ فِي ٱلْمَجَٰلِسِ فَٱفْسَحُواْ يَفْسَحِ ٱللَّهُ لَكُمْۖ وَإِذَا قِيلَ ٱنشُزُواْ فَٱنشُزُواْ يَرْفَعِ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مِنكُمْ وَٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلْعِلْمَ دَرَجَٰتٍۚ

11. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwasabwa kwagurira abandi mu vyicaro, muraca mubagurira; na mwe Imana Allah, Izobagurira kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Nimwasabwa naho guhaguruka mubisa abaje, murahaguruka; Imana Allah Izoduza icubahiro kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, abemeramana muri mwebwe n'ababahawe ubumenyi.

Imana Allah, ni Yo Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mukora, kandi Izobibahembera.

وَٱللَّهُ بِمَا تَعۡمَلُونَ خَبِيرٌ ١١

12. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Igihe mushatse kuganira n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), mutegetswe gutanga imperezwa imbere yuko muganira; ivyo, harimwo ineza no kwiyeza kuri mwebwe. Nimutaronka ico mutanga naho, nta co bitwaye; mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenimbabazi-ntangere, Igumiriza akabanga abigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا نَٰجَيۡتُمُ ٱلرَّسُولَ فَقَدِّمُواْ بَيۡنَ يَدَيۡ نَجۡوَىٰكُمۡ صَدَقَةٗۚ ذَٰلِكَ خَيۡرٞ لَّكُمۡ وَأَطۡهَرُۚ فَإِن لَّمۡ تَجِدُواْ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٞ رَّحِيمٌ ١٢

13. Mbega none, mwagize impungenge zo gutinya ko mwokena, mu gihe mwotanga imperezwa imbere yuko muganira n'Intumwa y'Imana! Mu gihe mutobikora kuko bibagoye, Imana Allah na Yo Igaheza Ikababababarira, maze Ikaborohereza mu guhagarika iryo bwirizwa, muraheza mutsimbataze amasengesho-bwirizwa ku mwanya, munatange n'ishikanwa-bwirizwa, mwongere mwumvire Imana Allah n'Intumwa yayo. Burya Imana Allah, ni Yo Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mukora, kandi Izobibahembera.

ءَأَشۡفَقۡتُمۡ أَن تُقَدِّمُواْ بَيۡنَ يَدَيۡ نَجۡوَىٰكُمۡ صَدَقَٰتٖۚ فَإِذۡ لَمۡ تَفۡعَلُواْ وَتَابَ ٱللَّهُ عَلَيۡكُمۡ فَأَقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتُواْ ٱلزَّكَوٰةَ وَأَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥۚ وَٱللَّهُ خَبِيرُۢ بِمَا تَعۡمَلُونَ ١٣

14. Ntumwa y'Imana! Mbega, ntiwabonye indyarya zicuditse n'abayahudi bashavuriwe n'Imana Allah! Izo ndyarya ntiziharurwa muri mwebwe, eka ntizinaharurwa no mu bayahudi, zirarahira zikarengwa, zibesha ko ziri abislamu, n'uko wewe uri Intumwa y'Imana, kandi zizi neza ko zibesha.

۞أَلَمۡ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ تَوَلَّوۡاْ قَوۡمًا غَضِبَ ٱللَّهُ عَلَيۡهِم مَّا هُم مِّنكُمۡ وَلَا مِنۡهُمۡ وَيَحۡلِفُونَ عَلَى ٱلۡكَذِبِ وَهُمۡ يَعۡلَمُونَ ١٤

15. Imana Allah, Yaraziteguriye ibihano ruhasha. Mu vy'ukuri indyarya, zamye zikora bibi cane.

أَعَدَّ ٱللَّهُ لَهُمۡ عَذَابٗا شَدِيدًاۖ إِنَّهُمۡ سَآءَ مَا كَانُواْ يَعۡمَلُونَ ١٥

16. Zagize indahiro zazo z'ikinyoma (ko zicisha bugufi, zemera) kuba inkinzo izikingira guhanwa, maze ziburagiza abantu kwinjira mu bwislamu. Kubera ivyo rero, zirategekanirijwe ibihano bisuzuguza.

ٱتَّخَذُوٓاْ أَيۡمَٰنَهُمۡ جُنَّةٗ فَصَدُّواْ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِ فَلَهُمۡ عَذَابٞ مُّهِينٞ ١٦

17. Amatungo yazo hamwe n'ibibondo vyazo, ntibizozibuza guhanwa n'Imana Allah. Abo barangwa n'inyifato y'uburyarya[1], ni bo bantu bo mu muriro, bazowubamwo ibihe bidahera[2].

لَن تُغۡنِيَ عَنۡهُمۡ أَمۡوَٰلُهُمۡ وَلَآ أَوۡلَٰدُهُم مِّنَ ٱللَّهِ شَيۡـٔٗاۚ أُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلنَّارِۖ هُمۡ فِيهَا خَٰلِدُونَ ١٧

18. Ntumwa y'Imana! Zibutse umusi Imana Allah Yazuye indyarya zose, maze zikarahira zikarengwa (zibesha) ko zemera Imana Allah; nk'uko zahora zirahira zibesha kw'isi, zibaza ko indahiro hari ico izimarira. Bantu, nimwumve

يَوۡمَ يَبۡعَثُهُمُ ٱللَّهُ جَمِيعٗا فَيَحۡلِفُونَ لَهُۥ كَمَا يَحۡلِفُونَ لَكُمۡ وَيَحۡسَبُونَ أَنَّهُمۡ عَلَىٰ شَيۡءٍۚ أَلَآ إِنَّهُمۡ هُمُ ٱلۡكَٰذِبُونَ ١٨

[1] Inyifato yo kurwanya idini ry'Imana Allah mu mvugo canke mu ngiro.
[2] Iyo ngingo, yega uwo wese yita ku rutare kugira aburagize abantu kwinjira mu bwislamu.

mwumvireho! Ni ukuri burya indyarya, ni zo zibesha nya kubesha.

19. Shetani yarazigaruriye izibagiza ukwibuka n'ukwumvira Imana Allah. Indyarya, ni wo mugwi w'ingabo n'abumvira shetani. Bantu, nimwumve mwumvireho! Ni ukuri umugwi w'ingabo n'abumvira shetani, ni wo uri mu ruhombo kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

ٱسْتَحْوَذَ عَلَيْهِمُ ٱلشَّيْطَٰنُ فَأَنسَىٰهُمْ ذِكْرَ ٱللَّهِ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ حِزْبُ ٱلشَّيْطَٰنِ ۚ أَلَآ إِنَّ حِزْبَ ٱلشَّيْطَٰنِ هُمُ ٱلْخَٰسِرُونَ ﴿١٩﴾

20. Mu vy'ukuri, abarwanya Imana Allah n'Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imama Allah) mu kurenga ku mabwirizwa, abo bari mu basuzuguritse cane kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

إِنَّ ٱلَّذِينَ يُحَآدُّونَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥٓ أُو۟لَٰٓئِكَ فِى ٱلْأَذَلِّينَ ﴿٢٠﴾

21. Imana Allah, Yaramaze guca iteka, Iti: "Ni ukuri, Nzotsinda Jewe Allah hamwe n'Intumwa zanje". Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Nyeninguvu, Nyenintsinzi-Mutaneshwa.

كَتَبَ ٱللَّهُ لَأَغْلِبَنَّ أَنَا۠ وَرُسُلِىٓ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ قَوِىٌّ عَزِيزٌ ﴿٢١﴾

22. Ntumwa y'Imana! Nta ho vyakabaye ko wosanga abantu bemera Imana Allah n'umusi w'imperuka bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, bacuditse n'abarwanya Imana Allah n'Intumwa yayo, n'aho boba ari abavyeyi babo, canke ibibondo vyabo, canke benewabo, canke incuti zabo za hafi mu muryango.

لَّا تَجِدُ قَوْمًا يُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ يُوَآدُّونَ مَنْ حَآدَّ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَلَوْ كَانُوٓا۟ ءَابَآءَهُمْ أَوْ أَبْنَآءَهُمْ أَوْ إِخْوَٰنَهُمْ أَوْ عَشِيرَتَهُمْ ۚ

Abo, ni bo rero Imana Allah Yamaze gutsimbataza ukwemera mu mitima yabo, Ibatera ingoga, Ibaha n'umuco wayo, kandi Izobinjiza mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera. Imana Allah Yarabishimiye kuko bayigamburukiye, na bo barayishimira ku mpera ikwiye Yabahaye. Abo, ni wo mugwi rero w'abatoni b'Imana Allah, bayumvira. Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, umugwi w'abatoni b'Imana Allah bayumvira, ni wo waronse intsinzi yo kuroranirwa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

أُو۟لَٰٓئِكَ كَتَبَ فِى قُلُوبِهِمُ ٱلْإِيمَٰنَ وَأَيَّدَهُم بِرُوحٍ مِّنْهُ ۖ وَيُدْخِلُهُمْ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا ۚ رَضِىَ ٱللَّهُ عَنْهُمْ وَرَضُوا۟ عَنْهُ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ حِزْبُ ٱللَّهِ ۚ أَلَآ إِنَّ حِزْبَ ٱللَّهِ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ﴿٢٢﴾

22. Ntumwa y'Imana! Nta ho vyakabaye ko wosanga abantu bemera Imana Allah n'umusi w'imperuka bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, bacuditse n'abarwanya Imana Allah n'Intumwa yayo, n'aho boba ari abavyeyi babo, canke ibibondo vyabo, canke benewabo, canke incuti zabo za hafi mu muryango. Abo, ni bo rero Imana Allah Yamaze gutsimbataza ukwemera mu mitima yabo, Ibatera ingoga, Ibaha n'umuco wayo, kandi Izobinjiza mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera. Imana Allah Yarabishimiye kuko bayigamburukiye, na bo barayishimira ku mpera ikwiye Yabahaye. Abo, ni wo mugwi rero w'abatoni b'Imana Allah,

لَّا تَجِدُ قَوْمًا يُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ يُوَآدُّونَ مَنْ حَآدَّ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَلَوْ كَانُوٓا۟ ءَابَآءَهُمْ أَوْ أَبْنَآءَهُمْ أَوْ إِخْوَٰنَهُمْ أَوْ عَشِيرَتَهُمْ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ كَتَبَ فِى قُلُوبِهِمُ ٱلْإِيمَٰنَ وَأَيَّدَهُم بِرُوحٍ مِّنْهُ ۖ وَيُدْخِلُهُمْ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَا ۚ رَضِىَ ٱللَّهُ عَنْهُمْ وَرَضُوا۟ عَنْهُ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ

bayumvira. Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, umugwi w'abatoni b'Imana Allah bayumvira, ni wo waronse intsinzi yo kuroranirwa kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

حِزْبُ ٱللَّهِۚ أَلَآ إِنَّ حِزْبَ ٱللَّهِ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ﴿٢٢﴾

59. Al-Hashri (Ukwimurwa)
Aayah 24, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ibiri mu majuru no kw'isi vyose, bininahaza Imana Allah. Na Yo, ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

سَبَّحَ لِلَّهِ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلْأَرْضِۖ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿١﴾

2. Ni Yo Yasohoye mu zabo abayigararije mu bahawe Igitabu, kw'iyimurwa rya mbere[1]; ntimwaziga ko bokwimutse, na bo nyene biyumvira ko inzitiro-ntamenwa zabo zizobakingira ibihano vy'Imana Allah, maze igihano c'Imana Allah co kubimura, kibashikira mu buryo batari biteze. Itera ubwoba mu mitima yabo, bisamburirako amazu yabo n'iminwe yabo, hamwe n'iminwe y'abemeramana. Emwe bantu mufise ubwenge, mwihweza ibintu n'ibindi mukabona ukuri! Enda nyabuna rero, nimuhakure icigwa, maze mwikebuke!

هُوَ ٱلَّذِيٓ أَخْرَجَ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ مِنْ أَهْلِ ٱلْكِتَٰبِ مِن دِيَٰرِهِمْ لِأَوَّلِ ٱلْحَشْرِۚ مَا ظَنَنتُمْ أَن يَخْرُجُواْۖ وَظَنُّوٓاْ أَنَّهُم مَّانِعَتُهُمْ حُصُونُهُم مِّنَ ٱللَّهِ فَأَتَىٰهُمُ ٱللَّهُ مِنْ حَيْثُ لَمْ يَحْتَسِبُواْۖ وَقَذَفَ فِي قُلُوبِهِمُ ٱلرُّعْبَ يُخْرِبُونَ بُيُوتَهُم بِأَيْدِيهِمْ وَأَيْدِي ٱلْمُؤْمِنِينَ فَٱعْتَبِرُواْ يَٰٓأُوْلِي ٱلْأَبْصَٰرِ ﴿٢﴾

3. Iyo Imana Allah Itandika ko bimurwa, Yari kubahana bakiri ng'aha kw'isi bakicwa bakanagirwa n'imbohe. Nayo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, barategekanirijwe ibihano vy'umuriro;

وَلَوْلَآ أَن كَتَبَ ٱللَّهُ عَلَيْهِمُ ٱلْجَلَآءَ لَعَذَّبَهُمْ فِي ٱلدُّنْيَاۖ وَلَهُمْ فِي ٱلْءَاخِرَةِ عَذَابُ ٱلنَّارِ ﴿٣﴾

4. Ivyo rero, vyabashikiye kuko barwanije Imana Allah n'Intumwa yayo. Uwo wese rero yimonogoza mu guca kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah n'Intumwa yayo, namenye ko mu vy'ukuri, Imana Allah Izomuhana Ikamuhasha.

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ شَآقُّواْ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥۖ وَمَن يُشَآقِّ ٱللَّهَ فَإِنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلْعِقَابِ ﴿٤﴾

5. Bemeramana! Ibiti vy'itende mwatemye canke mwaretse bihagaze ntimwabitema, vyose vyari kw'itegeko ry'Imana Allah, no kugira rero Itetereze ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo.

مَا قَطَعْتُم مِّن لِّينَةٍ أَوْ تَرَكْتُمُوهَا قَآئِمَةً عَلَىٰٓ أُصُولِهَا فَبِإِذْنِ ٱللَّهِ وَلِيُخْزِيَ ٱلْفَٰسِقِينَ ﴿٥﴾

6. N'ivyo Imana Allah Yabanyaze Ikabiha Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), nta vyo mwaruhiye mu kubirwanira kw'ifarasi canke ku ngamiya; ariko rero Imana Allah, Ituma Intumwa zayo gutera ubwoba no gutsinda ata ndwano ku wo Ishatse. Burya Imana Allah, ni Yo Mushoboravyose.

وَمَآ أَفَآءَ ٱللَّهُ عَلَىٰ رَسُولِهِۦ مِنْهُمْ فَمَآ أَوْجَفْتُمْ عَلَيْهِ مِنْ خَيْلٍ وَلَا رِكَابٍ وَلَٰكِنَّ ٱللَّهَ يُسَلِّطُ رُسُلَهُۥ عَلَىٰ مَن يَشَآءُۚ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَيْءٍ قَدِيرٌ ﴿٦﴾

[1] Abayahudi bo mu muryango wa Bene Al-Nadwiir, ni bo bayahudi ba mbere bakuwe mu zabo mu Kigobe c'Abarabu, baca bimukira muri Shaamu.

مَّآ أَفَآءَ ٱللَّهُ عَلَىٰ رَسُولِهِۦ مِنْ أَهْلِ ٱلْقُرَىٰ فَلِلَّهِ وَلِلرَّسُولِ وَلِذِى ٱلْقُرْبَىٰ وَٱلْيَتَٰمَىٰ وَٱلْمَسَٰكِينِ وَٱبْنِ ٱلسَّبِيلِ كَىْ لَا يَكُونَ دُولَةًۢ بَيْنَ ٱلْأَغْنِيَآءِ مِنكُمْ ۚ وَمَآ ءَاتَىٰكُمُ ٱلرَّسُولُ فَخُذُوهُ وَمَا نَهَىٰكُمْ عَنْهُ فَٱنتَهُوا۟ ۚ وَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ ۖ إِنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلْعِقَابِ ۝٧

7. Ivyo Imana Allah Yanyagiye Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), bivuye ku baba mu ducimbiri ata ndwano irinze kuba, bitangwa mu bikorwa vy'iterambere rusangi, bigahabwako n'incuti za hafi mu muryango w'Intumwa[1], impfuvyi, abakene n'ingenzi yakehaniwe ku rugendo, kugira ngo ivyanyazwe ntibigume mu minwe y'abakire gusa muri mwebwe. Ni uko rero, ico Intumwa y'Imana ibashikirije canke ibigishije, muracakira uko ikibashikirije; ico ibabujije kwakira canke gukora na co, murakireka, muheze rero mutinye Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irahana Igahasha abaca kubiri n'amabwirizwa yayo.

لِلْفُقَرَآءِ ٱلْمُهَٰجِرِينَ ٱلَّذِينَ أُخْرِجُوا۟ مِن دِيَٰرِهِمْ وَأَمْوَٰلِهِمْ يَبْتَغُونَ فَضْلًا مِّنَ ٱللَّهِ وَرِضْوَٰنًا وَيَنصُرُونَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥٓ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلصَّٰدِقُونَ ۝٨

8. Ni nk'uko nyene bahabwa muri nya minyago, abakene b'abimukira baje bava i Makka "Muhaajiriina", bakuwe mu ngo zabo no mu matungo yabo ku karenganyo, kubera gusa ko barondera impano no gushimwa n'Imana Allah, hamwe rero no kurwanira idini ryayo n'Intumwa yayo. Abo, ni bo rero mvugakuri zibushitse.

وَٱلَّذِينَ تَبَوَّءُو ٱلدَّارَ وَٱلْإِيمَٰنَ مِن قَبْلِهِمْ يُحِبُّونَ مَنْ هَاجَرَ إِلَيْهِمْ وَلَا يَجِدُونَ فِى صُدُورِهِمْ حَاجَةً مِّمَّآ أُوتُوا۟ وَيُؤْثِرُونَ عَلَىٰٓ أَنفُسِهِمْ وَلَوْ كَانَ بِهِمْ خَصَاصَةٌ ۚ وَمَن يُوقَ شُحَّ نَفْسِهِۦ فَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُفْلِحُونَ ۝٩

9. N'abasangwa b'i Madina "Answaari" bahisemwo kwemera imbere yuko abimukira bashika bava i Makka, barakunda abimukira baje babagana, bakanasabikanya na bo ivyo bafise, ntibanabagirira ishari n'akangononongono mu mitima yabo ku vyo bahawe mu minyago, baranabibahebera mu kubigura n'aho na bo nyene boba bakenye. Uwuzokingirwa kuba ingumyi rero, ari mu bantu baronse intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَٱلَّذِينَ جَآءُو مِنۢ بَعْدِهِمْ يَقُولُونَ رَبَّنَا ٱغْفِرْ لَنَا وَلِإِخْوَٰنِنَا ٱلَّذِينَ سَبَقُونَا بِٱلْإِيمَٰنِ وَلَا تَجْعَلْ فِى قُلُوبِنَا غِلًّا لِّلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ رَبَّنَآ إِنَّكَ رَءُوفٌ رَّحِيمٌ ۝١٠

10. N'abemeramana baje mu nyuma y'abasangwa n'abimukira, bavuga basaba bati: "Mana yacu Rurema Allah! Tugumirize akabanga ku vyaha vyacu ntubiduhanire, twebwe hamwe na benewacu badutanze kwemera. Kandi, ntuze Utume tugirira inzigo n'akarigangamuhogo abadutanze kwemera. Mana yacu Rurema Allah! Mu vy'ukuri Wewe, Uri Nyenikigongwe, Nyenimbabazi ku batoni bawe[2]".

۞أَلَمْ تَرَ إِلَى ٱلَّذِينَ نَافَقُوا۟ يَقُولُونَ لِإِخْوَٰنِهِمُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ مِنْ أَهْلِ ٱلْكِتَٰبِ لَئِنْ أُخْرِجْتُمْ لَنَخْرُجَنَّ مَعَكُمْ

11. Mbega, ntiwabonye abagize uburyarya, babwira benewabo bagararije mu bahawe Igitabu[3], bati: "Ni ukuri, nimwimurwa mu zanyu mukirukanwa i Madina, tuzokwimukana na mwe koko, kandi nta n'umwe tuzokwumvira ngo duheze tubatetereze mu kutimukana na mwe. Nimwaterwa naho nyene, tuzobarwanako

[2] Incuti za hafi mu muryango w'Intumwa, ni abakomoka kuri Bene Haashimu na Bene Al-Muttwalib.
[2] Iyi Aayah, irigisha ko umwislamu ategerezwa gukunda abamutanze kwemera mu ngendanyi z'Intumwa, akama aziyaga neza, akanazisabira ku Mana Allah; no mu gihe hagize iyivuzwe muri zo, akayisabira ati: "RADWIYA LLAAHU AN-HU" (Imana Allah Imwishimire).
[3] Abayahudi bo mu muryango wa Bene Al-Nadwiir.

tubatabare. Burya Imana Allah, ni Yo Cabona ko mu vy'ukuri indyarya zibabesha.

وَلَا نُطِيعُ فِيكُمْ أَحَدًا أَبَدًا وَإِن قُوتِلْتُمْ لَنَنصُرَنَّكُمْ وَٱللَّهُ يَشْهَدُ إِنَّهُمْ لَكَٰذِبُونَ ﴿١١﴾

12. Ni ukuri! Nibaramuka bimuwe bakirukanwa i Madina, ntibazokwimukana na bo; nibanaterwa, naho nyene ntibazobatabara namba; nibabatabara naho, bazogenza umugongo, maze batungwe n'ayo bameze, bahunge; hanyuma ntibazotabarwa n'Imana Allah ngo batsinde.

لَئِنْ أُخْرِجُوا۟ لَا يَخْرُجُونَ مَعَهُمْ وَلَئِن قُوتِلُوا۟ لَا يَنصُرُونَهُمْ وَلَئِن نَّصَرُوهُمْ لَيُوَلُّنَّ ٱلْأَدْبَٰرَ ثُمَّ لَا يُنصَرُونَ ﴿١٢﴾

13. Bemeramana! Ni ukuri mwebwe, muratinyitse cane mu mitima y'indyarya n'abayahudi gusumba uko batinya Imana Allah, bitewe n'uko bo ari abantu badatahura icubahiro c'Imana Allah.

لَأَنتُمْ أَشَدُّ رَهْبَةً فِى صُدُورِهِم مِّنَ ٱللَّهِ ۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ قَوْمٌ لَّا يَفْقَهُونَ ﴿١٣﴾

14. Ku kubera ukuntu abayahudi babatinya, ntibazobarwaniriza hamwe, kiretse mu gihe bazoba bari mu ducimbiri dukikujwe n'inzitiro ntamenwa, canke mu gihe bari inyuma y'insika. Urwanko ruri hagati y'abayahudi n'indyarya, rurenzeko. Wokwibaza ko bacuditse, ariko imitima yabo iri kubiri. Ivyo rero bigaterwa n'uko mu vy'ukuri, ari abantu badatahura amabwirizwa y'Imana Allah, ntibananyurwe n'ivyemezo vyayo.

لَا يُقَٰتِلُونَكُمْ جَمِيعًا إِلَّا فِى قُرًى مُّحَصَّنَةٍ أَوْ مِن وَرَآءِ جُدُرٍ ۚ بَأْسُهُم بَيْنَهُمْ شَدِيدٌ ۚ تَحْسَبُهُمْ جَمِيعًا وَقُلُوبُهُمْ شَتَّىٰ ۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ قَوْمٌ لَّا يَعْقِلُونَ ﴿١٤﴾

15. Akarorero k'abayahudi ku vyabashikiye, ni nk'ab'aho hambere yabo mu bagarariji b'i Makka ku vyabashikiye ku rugamba rwa "Badri", no mu bayahudi bo mu muryango wa Bene Qaynuqaa'a, barahonjeje amaherezo y'ubugarariji bwabo, barahanwa bakiri kw'isi. Barategekanirijwe n'ibihano bibabaza cane mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

كَمَثَلِ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ قَرِيبًا ذَاقُوا۟ وَبَالَ أَمْرِهِمْ وَلَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿١٥﴾

16. Akarorero k'indyarya mu guhema abayahudi, ni nka shetani iyo yoheje umuntu ku gahemo n'akantu, ivuga iti: "Gararira Iyakuremye!". Yamara kugarariza, ikamubwira imwihakana iti: "Ni ukuri jewe, ndavavanuye na we pe! Jewe ndatinya Imana Allah, Mubungabunzi w'ibiremwa vyose".

كَمَثَلِ ٱلشَّيْطَٰنِ إِذْ قَالَ لِلْإِنسَٰنِ ٱكْفُرْ فَلَمَّا كَفَرَ قَالَ إِنِّى بَرِىٓءٌ مِّنكَ إِنِّىٓ أَخَافُ ٱللَّهَ رَبَّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿١٦﴾

17. Gutyo rero, amaherezo y'abo bompi; shetani n'uwayumviye akagarariza Imana Allah, ni mu muriro udahera, bazowubamwo ibihe bidahera. Ico gihano, ni yo ndishi y'abirenganya mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

فَكَانَ عَٰقِبَتَهُمَآ أَنَّهُمَا فِى ٱلنَّارِ خَٰلِدَيْنِ فِيهَا ۚ وَذَٰلِكَ جَزَٰٓؤُا۟ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١٧﴾

18. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Enda rero nyabuna nimwiyubare ibihano vy'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, maze umwe wese muri mwebwe, arabe ico yakoze kizomufasha mu buzima bw'inyuma yo

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَلْتَنظُرْ نَفْسٌ مَّا قَدَّمَتْ لِغَدٍ ۖ وَٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ خَبِيرٌۢ بِمَا تَعْمَلُونَ ﴿١٨﴾

gupfa. Nimutinye rero Imana Allah mu vyo mukora vyose. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mukora, kandi Izobibahembera.

وَلَا تَكُونُوا۟ كَٱلَّذِينَ نَسُوا۟ ٱللَّهَ فَأَنسَىٰهُمْ أَنفُسَهُمْ ۚ أُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْفَٰسِقُونَ ﴿١٩﴾

19. Kandi, ntimukabe nk'abibagiye Imana Allah mu kutubahiriza amabwirizwa yayo, maze Imana Allah na Yo, Ibibagiza gukora ibizobafasha bikabakingira ibihano vyo ku musi w'izuka. Abo rero, ni vyo bigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

لَا يَسْتَوِىٓ أَصْحَٰبُ ٱلنَّارِ وَأَصْحَٰبُ ٱلْجَنَّةِ ۚ أَصْحَٰبُ ٱلْجَنَّةِ هُمُ ٱلْفَآئِزُونَ ﴿٢٠﴾

20. Abantu bari mu bihano vyo mu muriro udahera, si nk'abari mu nema zo mu Bwami bw'ijuru. Abari mu nema zo mu Bwami bw'ijuru, ni bo benintsinzi.

لَوْ أَنزَلْنَا هَٰذَا ٱلْقُرْءَانَ عَلَىٰ جَبَلٍ لَّرَأَيْتَهُۥ خَٰشِعًا مُّتَصَدِّعًا مِّنْ خَشْيَةِ ٱللَّهِ ۚ وَتِلْكَ ٱلْأَمْثَٰلُ نَضْرِبُهَا لِلنَّاسِ لَعَلَّهُمْ يَتَفَكَّرُونَ ﴿٢١﴾

21. Iyo Twebwe Allah, Tuza kumanurira iyi Qor'ani hejuru y'umusozi, ugaheza ugatahura amabwirizwa arimwo, wari kubona nya musozi uca bugufi uyoka ku gutinya Imana Allah. Ubwo burorero Twebwe Allah Dutanga muri Qor'ani, Tubuha abantu, kugira ngo biyumvire baheze batahure icubahiro n'ubushobozi vy'Imana Allah.

هُوَ ٱللَّهُ ٱلَّذِى لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ۖ عَٰلِمُ ٱلْغَيْبِ وَٱلشَّهَٰدَةِ ۖ هُوَ ٱلرَّحْمَٰنُ ٱلرَّحِيمُ ﴿٢٢﴾

22. Ni Yo Mana Allah, nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo. Irazi ibinyegeje n'ibiboneka, ni Yo Nyenimpuhwe ku biremwa vyose, Nyenimbabazi ku batoni bayo;

هُوَ ٱللَّهُ ٱلَّذِى لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ٱلْمَلِكُ ٱلْقُدُّوسُ ٱلسَّلَٰمُ ٱلْمُؤْمِنُ ٱلْمُهَيْمِنُ ٱلْعَزِيزُ ٱلْجَبَّارُ ٱلْمُتَكَبِّرُ ۚ سُبْحَٰنَ ٱللَّهِ عَمَّا يُشْرِكُونَ ﴿٢٣﴾

23. Ni Yo Mana Allah, nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo. Ni Yo Mwami, Nyenubutagatifu, Semahoro, Nyenugutekanisha[1], Uwiganje[2], Nyenintsinzi-Mutaneshwa[3], Ntahangarwa, Nyenukwishima. Ukuninahazwa, ni ukw'Imana Allah mu buryo burengeye cane ivyo bayitiranya bayibangikanya;

هُوَ ٱللَّهُ ٱلْخَٰلِقُ ٱلْبَارِئُ ٱلْمُصَوِّرُ ۖ لَهُ ٱلْأَسْمَآءُ ٱلْحُسْنَىٰ ۚ يُسَبِّحُ لَهُۥ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۖ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٢٤﴾

24. Ni Yo Mana Allah, Rurema, Nyenugutunganya ibiremwa nk'uko Yabitegekanije, Rutunganyandemo, Yahaye ishusho ibiremwa vyose. Ifise amazina meza cane n'amatazirano ayiranga. Ibiri mu majuru no kw'isi vyose, birayininahaza; ni na Yo rero Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

60. Al-Mumtahana (Uwugeragezwa)
Aayah 13, Madina

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَا تَتَّخِذُوا۟ عَدُوِّى وَعَدُوَّكُمْ أَوْلِيَآءَ تُلْقُونَ إِلَيْهِم بِٱلْمَوَدَّةِ

1. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukagire abansi banje n'abansi banyu abagenzi somambike, mu kubashira

[1] Imana Allah Itekanisha Intumwa n'Abavugishwamana, Ikanabatsimbataza mu kubahishurira amabwirizwa n'ibitangaro.
[2] Mu kurereka ibiremwa hamwe n'ivyo bikora.
[3] Nta kinanira Imana Allah, haba kw'isi canke mu majuru.

وَقَدْ كَفَرُواْ بِمَا جَآءَكُم مِّنَ ٱلْحَقِّ يُخْرِجُونَ ٱلرَّسُولَ وَإِيَّاكُمْ أَن تُؤْمِنُواْ بِٱللَّهِ رَبِّكُمْ إِن كُنتُمْ خَرَجْتُمْ جِهَٰدًا فِى سَبِيلِى وَٱبْتِغَآءَ مَرْضَاتِى ۚ تُسِرُّونَ إِلَيْهِم بِٱلْمَوَدَّةِ وَأَنَا۠ أَعْلَمُ بِمَآ أَخْفَيْتُمْ وَمَآ أَعْلَنتُمْ ۚ وَمَن يَفْعَلْهُ مِنكُمْ فَقَدْ ضَلَّ سَوَآءَ ٱلسَّبِيلِ ﴿١﴾

inkuru z'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe n'amabanga y'abemeramana, murondera kwikundwakaza, kandi baramaze kugarariza ukuri kwabashikiriye ku bijanye n'ukwemera Imana Allah n'Intumwa yayo hamwe na Qor'ani. Basohoye Intumwa y'Imana na mwe nyene mu gisagara ca Makka, babahora gusa ko mwemera Imana yanyu Rurema Allah. Ntimukagire rero abansi banje n'abansi banyu abagenzi somambike nimwaba mwasohotse izanyu ku mvo zo guharanira idini ryanje, murondera gushimwa nanje. Mubashikiriza inkuru mu mpisho murondera kwikundwakaza, kandi nanje Allah Nzi neza ivyo munyegeza n'ivyo mugaragaza! Uwo wese rero azobikora muri mwebwe, azoba yahuvye inzira igororotse.

إِن يَثْقَفُوكُمْ يَكُونُواْ لَكُمْ أَعْدَآءً وَيَبْسُطُوٓاْ إِلَيْكُمْ أَيْدِيَهُمْ وَأَلْسِنَتَهُم بِٱلسُّوٓءِ وَوَدُّواْ لَوْ تَكْفُرُونَ ﴿٢﴾

2. Bishitse mukagwa mu minwe yabo, bobereka urwanko babafitiye mu mitima yabo, bakababahereza iminwe yabo mu kubica no kubagira imbohe, bakanabacokora, hanyuma bakabipfuriza ko mwogarariza mugata idini ryanyu.

لَن تَنفَعَكُمْ أَرْحَامُكُمْ وَلَآ أَوْلَٰدُكُمْ ۚ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ يَفْصِلُ بَيْنَكُمْ ۚ وَٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ بَصِيرٌ ﴿٣﴾

3. Nta co abavukanyi banyu bazobamarira, eka n'abana banyu batuma mugira abagararije abagenzi somambike, nta co bazobamarira. Ku musi w'izuka, Imana Allah Izobatandukanya, Iheze Yinjize aberanda mu Bwami bw'ijuru, inkozi z'ikibi na zo Izinjize mu muriro. Burya rero Imana Allah, ivyo mukora n'ivyo muvuga vyose Irabibona neza, ni Nyenukubona.

قَدْ كَانَتْ لَكُمْ أُسْوَةٌ حَسَنَةٌ فِىٓ إِبْرَٰهِيمَ وَٱلَّذِينَ مَعَهُۥٓ ۚ إِذْ قَالُواْ لِقَوْمِهِمْ إِنَّا بُرَءَٰٓؤُاْ مِنكُمْ وَمِمَّا تَعْبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ كَفَرْنَا بِكُمْ وَبَدَا بَيْنَنَا وَبَيْنَكُمُ ٱلْعَدَٰوَةُ وَٱلْبَغْضَآءُ أَبَدًا حَتَّىٰ تُؤْمِنُواْ بِٱللَّهِ وَحْدَهُۥٓ ۚ إِلَّا قَوْلَ إِبْرَٰهِيمَ لِأَبِيهِ لَأَسْتَغْفِرَنَّ لَكَ وَمَآ أَمْلِكُ لَكَ مِنَ ٱللَّهِ مِن شَىْءٍ ۖ رَّبَّنَا عَلَيْكَ تَوَكَّلْنَا وَإِلَيْكَ أَنَبْنَا وَإِلَيْكَ ٱلْمَصِيرُ ﴿٤﴾

4. Bemeramana! Mu vy'ukuri, murafise akarorero keza mwokwisunga mu mvugo no mu ngiro, ku Ntumwa y'Imana Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), hamwe n'abemeramana bari kumwe na yo, igihe babwira abantu babo batemera bati: "Mu vy'ukuri twebwe, turitandukanije na mwe hamwe n'ivyo musenga mu gishingo c'Imana Allah. Kuva ubu rero, twagararije ivyo mwemera mu bigirwamana, hamaze no kwibonekeza urwanko n'inzigo hagati yacu na mwe, kugeza aho muzokwemera Imana Imwe Rudende Allah, mukavavanura no gusenga ibigirwamana". Ariko rero, ntimwokwigana ijambo ry'Intumwa Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yabwiye se yagarariza iti: "Ni ukuri, nzogusabira imbabazi ku Mana Allah, mugabo jewe nta na kimwe nzokumarira ku Mana Allah[1]". Ibrahimu rero yahavuye atakambira Imana Allah, ati: "Mana yacu Rurema Allah! Twamaze kukwishimikiza mu kukwizera

[1] Aho, hari imbere yuko Ibrahimu amenya ko se yamaze kugarariza akaba umwansi w'Imana Allah; mu nyuma y'aho rero, yahavuye avavanura na se, aritandukanya na we.

muri vyose, kandi twagarutse iwawe kwigaya, burya iwawe gusa ni yo maherezo yacu;

5. Mana yacu Rurema Allah! Ntutugerageze ngo Uduteze abagarariji mu vyo tutokwihanganira; turagusavye Utugumirize akabanga ku vyaha vyacu, ntubiduhanire. Mana yacu Rurema Allah! Mu vy'ukuri Wewe, Uri Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ukora".

رَبَّنَا لَا تَجۡعَلۡنَا فِتۡنَةٗ لِّلَّذِينَ كَفَرُواْ وَٱغۡفِرۡ لَنَا رَبَّنَآۖ إِنَّكَ أَنتَ ٱلۡعَزِيزُ ٱلۡحَكِيمُ ٥

6. Bemeramana! Ni ukuri, murafise akarorero keza mwokwisunga ku Ntumwa y'Imana Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), hamwe no ku bemeramana bari kumwe na yo, canecane ku wuzoba yizeye indishi ku Mana Allah, n'intsinzi ku musi w'imperuka. Nayo uwuzogenza umugongo akirengagiza kwisunga imigenzo y'Abavugishwamana, ni ukuri Imana Allah, ni Yo Uwikenuye Yikenuye muri vyose, Nyenugushimwa, Ishimwa ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo mu bihe vyose.

لَقَدۡ كَانَ لَكُمۡ فِيهِمۡ أُسۡوَةٌ حَسَنَةٞ لِّمَن كَانَ يَرۡجُواْ ٱللَّهَ وَٱلۡيَوۡمَ ٱلۡأٓخِرَۚ وَمَن يَتَوَلَّ فَإِنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلۡغَنِيُّ ٱلۡحَمِيدُ ٦

7. Kumbure Imana Allah Izobakundanisha, mwebwe n'abo mwankanye mu bagararije mu bavandimwe banyu, biciye mu kwemera bakaba abislamu. Burya Imana Allah, ni Mushoboravyose; Imana Allah, ni na Yo Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

عَسَى ٱللَّهُ أَن يَجۡعَلَ بَيۡنَكُمۡ وَبَيۡنَ ٱلَّذِينَ عَادَيۡتُم مِّنۡهُم مَّوَدَّةٗۚ وَٱللَّهُ قَدِيرٞۚ وَٱللَّهُ غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٧

8. Bemeramana! Imana Allah ntibabuza na gato kugirira neza no gutunganiriza abatabarwanya ku mvo z'ukwemera, bakaba batanabasohoye mu zanyu. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irakunda abatunganiriza abandi ata nkunzi.

لَّا يَنۡهَىٰكُمُ ٱللَّهُ عَنِ ٱلَّذِينَ لَمۡ يُقَٰتِلُوكُمۡ فِي ٱلدِّينِ وَلَمۡ يُخۡرِجُوكُم مِّن دِيَٰرِكُمۡ أَن تَبَرُّوهُمۡ وَتُقۡسِطُوٓاْ إِلَيۡهِمۡۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلۡمُقۡسِطِينَ ٨

9. Ahubwo Imana Allah, Ibabuza gusa kugira abagenzi somambike ababarwanije ku mvo z'ukwemera, bakabasohora mu zanyu, bakanafasha mu kubomora. Kubera ivyo rero, abazobagira abagenzi somambike, abo ni bo birenganije mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

إِنَّمَا يَنۡهَىٰكُمُ ٱللَّهُ عَنِ ٱلَّذِينَ قَٰتَلُوكُمۡ فِي ٱلدِّينِ وَأَخۡرَجُوكُم مِّن دِيَٰرِكُمۡ وَظَٰهَرُواْ عَلَىٰٓ إِخۡرَاجِكُمۡ أَن تَوَلَّوۡهُمۡۚ وَمَن يَتَوَلَّهُمۡ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلظَّٰلِمُونَ ٩

10. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Abemeramanakazi nibaza babagana bahungiye i Madina, murabanza mubagerageze, kugira mumenye neza ko bemera vy'ukuri. Imana Allah, ni Yo Izi ukwemera kwabo kurusha. Nimwamenya neza na neza rero ko ari abemeramanakazi, ntimuze muhirahire ngo mubasubize ku bagarariji bubakanye, kuko bo ntibarekuriwe kwubakana n'abagarariji, kandi n'abo bagarariji nyene ntibarekuriwe kwabira abemeramanakazi. Muraheza rero musubize inkwano abahoze ari abagabo babo. Nta kibi kandi ko

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا جَآءَكُمُ ٱلۡمُؤۡمِنَٰتُ مُهَٰجِرَٰتٖ فَٱمۡتَحِنُوهُنَّۖ ٱللَّهُ أَعۡلَمُ بِإِيمَٰنِهِنَّۖ فَإِنۡ عَلِمۡتُمُوهُنَّ مُؤۡمِنَٰتٖ فَلَا تَرۡجِعُوهُنَّ إِلَى ٱلۡكُفَّارِۖ لَا هُنَّ حِلّٞ لَّهُمۡ وَلَا هُمۡ يَحِلُّونَ لَهُنَّۖ وَءَاتُوهُم مَّآ أَنفَقُواْۚ وَلَا جُنَاحَ عَلَيۡكُمۡ أَن تَنكِحُوهُنَّ إِذَآ ءَاتَيۡتُمُوهُنَّ أُجُورَهُنَّۚ وَلَا تُمۡسِكُواْ بِعِصَمِ

mwokwabira abo bakenyezi mu gihe mwobaha inkwano zabo. Ntimwihambirire ku masezerano yo kwabirana n'abakenyezi bagararije bagata idini, muraheza rero musabe inkwano zanyu, na bo nyene baraheza basabe inkwano z'abakenyezi babo binjiye mu bwislamu. Ukwo gusubizwa inkwano, ni ingingo y'Imana Allah Itegetse ko yubahirizwa hagati yanyu. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora.

ٱلْكَوَافِرِ وَسْـَٔلُواْ مَآ أَنفَقْتُمْ وَلْيَسْـَٔلُواْ مَآ أَنفَقُواْ ذَٰلِكُمْ حُكْمُ ٱللَّهِ يَحْكُمُ بَيْنَكُمْ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٌ ﴿١٠﴾

11. Nihagira uwubacika mu bakenyezi banyu bemera agata idini, agashoka ahungira mu bagarariji, ntimuheze ngo musubizwe inkwano, maze mukaronka iminyago mumaze gutsinda ku rugamba, muraca muronsa abagabo babo ibingana n'inkwano batanze, muheze mutinye Imana Allah, muyigamburukire, Yo mwebwe mwemera.

وَإِن فَاتَكُمْ شَىْءٌ مِّنْ أَزْوَٰجِكُمْ إِلَى ٱلْكُفَّارِ فَعَاقَبْتُمْ فَـَٔاتُواْ ٱلَّذِينَ ذَهَبَتْ أَزْوَٰجُهُم مِّثْلَ مَآ أَنفَقُواْ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ ٱلَّذِىٓ أَنتُم بِهِۦ مُؤْمِنُونَ ﴿١١﴾

12. Ewe Muvugishwamana! Abemeramanakazi, nibaza bagutumbera bashaka kwiyemeza imbere yawe ko batazobangikanya Imana Allah, batazokwiba, batazorenga ibigo, batazokwica abana babo ku gutinya ubukene canke guteterwa[1], batazovuga ikinyoma mu kwomekera abana ku bagabo babo mu gihe atari ba se babavyara, batazoca kubiri n'ivyo ubabwirije, uraheza rero ubemerere isezerano ryabo, maze ubasabire imbabazi ku Mana Allah. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِىُّ إِذَا جَآءَكَ ٱلْمُؤْمِنَٰتُ يُبَايِعْنَكَ عَلَىٰٓ أَن لَّا يُشْرِكْنَ بِٱللَّهِ شَيْـًٔا وَلَا يَسْرِقْنَ وَلَا يَزْنِينَ وَلَا يَقْتُلْنَ أَوْلَٰدَهُنَّ وَلَا يَأْتِينَ بِبُهْتَٰنٍ يَفْتَرِينَهُۥ بَيْنَ أَيْدِيهِنَّ وَأَرْجُلِهِنَّ وَلَا يَعْصِينَكَ فِى مَعْرُوفٍ فَبَايِعْهُنَّ وَٱسْتَغْفِرْ لَهُنَّ ٱللَّهَ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿١٢﴾

13. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimuzogire abantu bashavuriwe n'Imana Allah, ba somambike, na kare baramaze kwihebura ko ata neza baziga mu buzima bw'inyuma yo gupfa; nk'uko abagararije bihebuye ko abantu babo bari mu mva batazozuka, kuko batemera izuka ry'ibiremwa.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَتَوَلَّوْاْ قَوْمًا غَضِبَ ٱللَّهُ عَلَيْهِمْ قَدْ يَئِسُواْ مِنَ ٱلْءَاخِرَةِ كَمَا يَئِسَ ٱلْكُفَّارُ مِنْ أَصْحَٰبِ ٱلْقُبُورِ ﴿١٣﴾

61. As-Swaff (Ugutonda umurongo)
Aayah 14, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ibiri mu majuru no kw'isi vyose, bininahaza Imana Allah. Ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

سَبَّحَ لِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿١﴾

2. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ni kuki musezerana canke muvuga ivyo mudakora ngo muvyubahirize[2]?

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لِمَ تَقُولُونَ مَا لَا تَفْعَلُونَ ﴿٢﴾

[2] Harimwo no gukorora imbanyi.
[2] Iyi Aayah, ni inkebuzo ku muntu uwo ari we wese akora ibihushanye n'ivyo avuga.

3. Birashavuza cane Imana Allah kuvuga ivyo mudakora.

كَبُرَ مَقْتًا عِندَ ٱللَّهِ أَن تَقُولُواْ مَا لَا تَفْعَلُونَ ﴿٣﴾

4. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irakunda abaharanira idini ryayo bafatanye mu nda[1], bari ku murongo umwe bameze nka kurya kw'inyubakwa imwe ifatanye[2].

إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلَّذِينَ يُقَٰتِلُونَ فِى سَبِيلِهِۦ صَفًّا كَأَنَّهُم بُنْيَٰنٌ مَّرْصُوصٌ ﴿٤﴾

5. Ntumwa y'Imana! Ibuka igihe Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yabwira abantu bayo iti: "Bantu banje narungitsweko! Ni kuki mumbabaza (mu kugarariza), kandi muzi neza ko jewe ndi Intumwa y'Imana kuri mwebwe!". Igihe rero abantu ba Musa bamariye guhengama (bagata inzira y'ukuri), Imana Allah, Yaciye Ihengamika imitima yabo kurusha. Burya Imana Allah, ntirongora ibigaba birenga ku mabwirizwa yayo.

وَإِذْ قَالَ مُوسَىٰ لِقَوْمِهِۦ يَٰقَوْمِ لِمَ تُؤْذُونَنِى وَقَد تَّعْلَمُونَ أَنِّى رَسُولُ ٱللَّهِ إِلَيْكُمْ ۖ فَلَمَّا زَاغُوٓاْ أَزَاغَ ٱللَّهُ قُلُوبَهُمْ ۚ وَٱللَّهُ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلْفَٰسِقِينَ ﴿٥﴾

6. Ntumwa y'Imana! Ibuka n'igihe Intumwa y'Imana Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yavuga iti: "Emwe Bene Israyeli! Mu vy'ukuri Jewe, ndi Intumwa y'Imana kuri mwebwe, naje gushimangira ibiri mu Bitabu vy'aho hambere yanje, Tawurati na Zaburi, no gushikiriza inkuru nziza y'umuzo w'Intumwa y'Imana izoza inyuma yanje, yitwa Ahmadi (Muhamadi)". Ariko rero, iyo Ntumwa Muhamadi imaze kuza ifise n'ivyemezo biboneka, bavuze bati: "Ubu, ni uburozi bugaragara".

وَإِذْ قَالَ عِيسَى ٱبْنُ مَرْيَمَ يَٰبَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ إِنِّى رَسُولُ ٱللَّهِ إِلَيْكُم مُّصَدِّقًا لِّمَا بَيْنَ يَدَىَّ مِنَ ٱلتَّوْرَىٰةِ وَمُبَشِّرًۢا بِرَسُولٍ يَأْتِى مِنۢ بَعْدِى ٱسْمُهُۥٓ أَحْمَدُ ۖ فَلَمَّا جَآءَهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ قَالُواْ هَٰذَا سِحْرٌ مُّبِينٌ ﴿٦﴾

7. Nta n'umwe arenganya akimonogoza gusumba uwurementaniriza Imana Allah mu kuyibangikanya n'ibiremwa, kandi ararikirwa kwicisha bugufi akaba umwislamu! Burya Imana Allah, ntirongora mu nzira yayo abantu birenganya mu kuyibangikanya.

وَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّنِ ٱفْتَرَىٰ عَلَى ٱللَّهِ ٱلْكَذِبَ وَهُوَ يُدْعَىٰٓ إِلَى ٱلْإِسْلَٰمِ ۚ وَٱللَّهُ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٧﴾

8. Bashaka mu guhakana Intumwa, kuzimya n'iminwa yabo umuco w'Imana Allah wa Qor'ani. Burya Imana Allah, ni Yo Izokwiragiza hose umuco wayo n'aho vyoshavuza abagarariji.

يُرِيدُونَ لِيُطْفِـُٔوا۟ نُورَ ٱللَّهِ بِأَفْوَٰهِهِمْ وَٱللَّهُ مُتِمُّ نُورِهِۦ وَلَوْ كَرِهَ ٱلْكَٰفِرُونَ ﴿٨﴾

9. Ni Yo Yarungitse Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yibangikanije n'uburongozi bwa Qor'ani; Iyirungikana n'idini ry'ukuri, kugira riganze ayandi madini n'aho vyoshavuza ababangikanyamana.

هُوَ ٱلَّذِىٓ أَرْسَلَ رَسُولَهُۥ بِٱلْهُدَىٰ وَدِينِ ٱلْحَقِّ لِيُظْهِرَهُۥ عَلَى ٱلدِّينِ كُلِّهِۦ وَلَوْ كَرِهَ ٱلْمُشْرِكُونَ ﴿٩﴾

10. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Mbega ndabereke urudandazwa rwobakiza ibihano bibabaza?

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ هَلْ أَدُلُّكُمْ عَلَىٰ تِجَٰرَةٍ تُنجِيكُم مِّنْ عَذَابٍ أَلِيمٍ ﴿١٠﴾

[1] Barangwa n'ubumwe ku buryo umwansi adashobora kubacanishamwo.
[2] Iyi Aayah, yerekana ivyiza vyinshi vyagenewe ababaharanira idini ry'Imana Allah bafatanye mu nda; abo, akaba ari bo bakundwa n'Imana Allah.

تُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَتُجَٰهِدُونَ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ بِأَمْوَٰلِكُمْ وَأَنفُسِكُمْ ۚ ذَٰلِكُمْ خَيْرٌ لَّكُمْ إِن كُنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿١١﴾

11. Nimubandanye mwemera Imana Imwe Rudende Allah n'Intumwa yayo, muheze muharanire idini ry'Imana Allah, mu gutanga amatungo yanyu no mu kwitanga mwebwe nyene ubwanyu. Ivyo rero, ni vyo vyiza kurusha kuri mwebwe, nimwaba muzi rero gutandukanya ikibi n'iciza, nimuvyubahirize;

يَغْفِرْ لَكُمْ ذُنُوبَكُمْ وَيُدْخِلْكُمْ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ وَمَسَٰكِنَ طَيِّبَةً فِى جَنَّٰتِ عَدْنٍ ۚ ذَٰلِكَ ٱلْفَوْزُ ٱلْعَظِيمُ ﴿١٢﴾

12. Imana Allah, Izobagumiriza akabanga ku vyaha vyanyu, Ivyirengagize ntibibahanire, Iheze Ibinjize no mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, harimwo n'imihana iteye igomwe mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni". Iyo rero, ni yo ntsinzi ihambaye.

وَأُخْرَىٰ تُحِبُّونَهَا ۖ نَصْرٌ مِّنَ ٱللَّهِ وَفَتْحٌ قَرِيبٌ ۗ وَبَشِّرِ ٱلْمُؤْمِنِينَ ﴿١٣﴾

13. Yarabageneye n'iyindi mpera mukunda muri kw'isi, ni intsinzi ivuye ku Mana Allah no guhabuza vuba bwango igisagara ca Makka. Muvugishwamana! Shikiriza rero abemeramana, inkuru ihimbaye Yo gushika ku ntsinzi kw'isi, no kuja mu Bwami bw'ijuru mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ كُونُوٓا۟ أَنصَارَ ٱللَّهِ كَمَا قَالَ عِيسَى ٱبْنُ مَرْيَمَ لِلْحَوَارِيِّـۧنَ مَنْ أَنصَارِىٓ إِلَى ٱللَّهِ ۖ قَالَ ٱلْحَوَارِيُّونَ نَحْنُ أَنصَارُ ٱللَّهِ ۖ فَـَٔامَنَت طَّآئِفَةٌ مِّنۢ بَنِىٓ إِسْرَٰٓءِيلَ وَكَفَرَت طَّآئِفَةٌ ۖ فَأَيَّدْنَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ عَلَىٰ عَدُوِّهِمْ فَأَصْبَحُوا۟ ظَٰهِرِينَ ﴿١٤﴾

14. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimubandanye kuba abatabazi b'idini ry'Imana Allah; nka kurya abigishwa b'Intumwa y'Imana Isa mwene Mariyamu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) babigenjeje, igihe yavuga ibabwira iti: "Ni bande muri mwebwe bontabara mu nzira y'Imana Allah?", maze na bo bayishura bati: "Nyabuna rero, ni twebwe dutabara mu nzira y'Imana Allah". Umugwi umwe rero muri Bene Israyeli uraheza uremera, uwundi mugwi na wo urahakana, maze Twebwe Allah Dushoka Dushigikira abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo mu kurwanya abansi babo, gutyo baraheza barabatsinda kw'irungikwa ry'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

62. Al-Jumu'ah (Umusi w'ijuma)
Aayah 11, Madina

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يُسَبِّحُ لِلَّهِ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِى ٱلْأَرْضِ ٱلْمَلِكِ ٱلْقُدُّوسِ ٱلْعَزِيزِ ٱلْحَكِيمِ ﴿١﴾

1. Ibiri mu majuru no kw'isi vyose, biraninahaza Imana Allah, Umwami, Nyenubutagatifu, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

هُوَ ٱلَّذِى بَعَثَ فِى ٱلْأُمِّيِّـۧنَ رَسُولًا مِّنْهُمْ يَتْلُوا۟ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتِهِۦ وَيُزَكِّيهِمْ وَيُعَلِّمُهُمُ

2. Ni Yo Yarungitse Intumwa ivuye mu Barabu batazi gusoma no kwandika, Iraheza Iyirungika ku bantu bose, ibasomera Qor'ani inabeza ingeso mbi n'ukwemera gushingiye ku bintazi, ibigisha n'Igitabu ca Qor'ani

n'imigenzo y'intumwa (Sunnah), mu gihe bari mu muzimagiza w'ubuhuvyi ugaragara imbere y'irungikwa ry'iyo Ntumwa;

ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْحِكْمَةَ وَإِن كَانُوا۟ مِن قَبْلُ لَفِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٢﴾

3. Izokweza n'abandi muri bo bataraza (bazokurikira inyuma y'ingendanyi). Imana Allah, ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

وَءَاخَرِينَ مِنْهُمْ لَمَّا يَلْحَقُوا۟ بِهِمْ ۚ وَهُوَ ٱلْعَزِيزُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٣﴾

4. Iryo rungikwa ry'Intumwa rero, ni impano y'Imana Allah, Iyiha uwo Yishakiye mu biremwa. Burya rero Imana Allah, ni Yo Nyenimpano nyinshi zihambaye.

ذَٰلِكَ فَضْلُ ٱللَّهِ يُؤْتِيهِ مَن يَشَآءُ ۚ وَٱللَّهُ ذُو ٱلْفَضْلِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٤﴾

5. Akarorero k'abayahudi bategetswe kugendera ibiri mu Gitabu ca Tawurati hanyuma ntibabigendera nk'uko bategetswe; ni nka kurya kw'indogobwe yikoreye ibitabu itazi ibirimwo. Ni akarorero kabi cane k'abantu bahakanye bivuye inyuma Aayah z'Imana Allah, ntizagira ico zibamariye. Burya Imana Allah na Yo, ntirongora mu nzira yayo, abantu birenganya mu kurenga ku mabwirizwa yayo.

مَثَلُ ٱلَّذِينَ حُمِّلُوا۟ ٱلتَّوْرَىٰةَ ثُمَّ لَمْ يَحْمِلُوهَا كَمَثَلِ ٱلْحِمَارِ يَحْمِلُ أَسْفَارًۢا ۚ بِئْسَ مَثَلُ ٱلْقَوْمِ ٱلَّذِينَ كَذَّبُوا۟ بِـَٔايَٰتِ ٱللَّهِ ۚ وَٱللَّهُ لَا يَهْدِى ٱلْقَوْمَ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٥﴾

6. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Emwe bayahudi! Nimwaba mwigamba ko muri inkundwakazi zishikira ku Mana Allah, enda rero, nimwipfuze urupfu nimwaba muri imvugakuri".

قُلْ يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ هَادُوٓا۟ إِن زَعَمْتُمْ أَنَّكُمْ أَوْلِيَآءُ لِلَّهِ مِن دُونِ ٱلنَّاسِ فَتَمَنَّوُا۟ ٱلْمَوْتَ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٦﴾

7. Ntibazokwigera barwipfuza na rimwe kubera ugukunda ivy'isi no gutinya guhanirwa ibibi bakora. Imana Allah na Yo, Irazi neza abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa yayo.

وَلَا يَتَمَنَّوْنَهُۥٓ أَبَدًۢا بِمَا قَدَّمَتْ أَيْدِيهِمْ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌۢ بِٱلظَّٰلِمِينَ ﴿٧﴾

8. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Mu vy'ukuri urupfu muhunga, nta nkeka ruzobashikira nihagera gupfa, hanyuma musubizwe kuri Rumenyi w'ibinyegeje n'ibiboneka ku musi w'izuka, maze Abamenyeshe ivyo mwari mwarakoze vyose kw'isi, Anabibahembere".

قُلْ إِنَّ ٱلْمَوْتَ ٱلَّذِى تَفِرُّونَ مِنْهُ فَإِنَّهُۥ مُلَٰقِيكُمْ ۖ ثُمَّ تُرَدُّونَ إِلَىٰ عَٰلِمِ ٱلْغَيْبِ وَٱلشَّهَٰدَةِ فَيُنَبِّئُكُم بِمَا كُنتُمْ تَعْمَلُونَ ﴿٨﴾

9. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nihararikwa kuja gusenga ku musi w'ikoraniro w'ijuma, murashoka munyaragasa kuja gusenga no kwumviriza inyigisho, muheze mureke kugura no kugurisha ibidandazwa hamwe n'ibindi vyose bisamaza. Ivyo mutegetswe, ni vyiza kuri mwebwe kurusha. Nimwaba muzi ibibafitiye akamaro rero, nimuvyubahirize[1].

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ إِذَا نُودِىَ لِلصَّلَوٰةِ مِن يَوْمِ ٱلْجُمُعَةِ فَٱسْعَوْا۟ إِلَىٰ ذِكْرِ ٱللَّهِ وَذَرُوا۟ ٱلْبَيْعَ ۚ ذَٰلِكُمْ خَيْرٌ لَّكُمْ إِن كُنتُمْ تَعْلَمُونَ ﴿٩﴾

10. Nimwamara kwumviriza inyigisho, mugaheza no gusenga, murakwiragira kw'isi, murondere icobabeshaho

فَإِذَا قُضِيَتِ ٱلصَّلَوٰةُ فَٱنتَشِرُوا۟ فِى ٱلْأَرْضِ

[1] Iyi Aayah, irerekana ko gusenga isengesho ryo ku musi w'ikoraniro w'ijuma hamwe no kwumviriza inyigisho yaryo, ari ngombwa ku mwislamu.

mu mpano z'Imana Allah, maze muninahaze kenshi Imana Allah aho muzoba muri hose, kugira muronke intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَٱبْتَغُواْ مِن فَضْلِ ٱللَّهِ وَٱذْكُرُواْ ٱللَّهَ كَثِيرًا لَّعَلَّكُمْ تُفْلِحُونَ ﴿١٠﴾

11. Ntumwa y'Imana! Iyo bamwe mu bislamu babonye urudandazwa, canke ibintu bisamaza ata co bimaze mu bihendamaso vy'isi, baca babihurumbira bakagusiga uhagaze wenyene. Babwire uti: "Burya indishi n'inema biri ku Mana Allah, ni vyo vyiza kuri mwebwe gusumba urudandazwa n'ibisamaza. Burya Imana Allah, ni Yo Mwiza w'abaronsa ibibeshaho ibiremwa".

وَإِذَا رَأَوْاْ تِجَٰرَةً أَوْ لَهْوًا ٱنفَضُّوٓاْ إِلَيْهَا وَتَرَكُوكَ قَآئِمًاۚ قُلْ مَا عِندَ ٱللَّهِ خَيْرٌ مِّنَ ٱللَّهْوِ وَمِنَ ٱلتِّجَٰرَةِۚ وَٱللَّهُ خَيْرُ ٱلرَّٰزِقِينَ ﴿١١﴾

63. Al-Munaafiquuna (Indyarya)
Aayah 11, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ntumwa y'Imana! Iyo indyarya zije zikugana mu cicaro, ziza zivuga n'akarimi gasosa ziti: "Ni ukuri, turemanga ko wewe uri Intumwa y'Imana". Burya Imana Allah na Yo, Irazi neza mu vy'ukuri, ko wewe uri Intumwa yayo, kandi Imana Allah Iremanga ko mu vy'ukuri, indyarya zibesha kuko ziyorobeka.

إِذَا جَآءَكَ ٱلْمُنَٰفِقُونَ قَالُواْ نَشْهَدُ إِنَّكَ لَرَسُولُ ٱللَّهِۘ وَٱللَّهُ يَعْلَمُ إِنَّكَ لَرَسُولُهُۥ وَٱللَّهُ يَشْهَدُ إِنَّ ٱلْمُنَٰفِقِينَ لَكَٰذِبُونَ ﴿١﴾

2. Zagize indahiro zazo, kuba inkinzo izikingira kugirirwa umwikomo no guhanwa, maze zitangura kuburagiza abantu kwinjira mw'idini ry'Imana Allah no kuriharanira. Mu vy'ukuri ivyo zikora, ni bibi cane;

ٱتَّخَذُوٓاْ أَيْمَٰنَهُمْ جُنَّةً فَصَدُّواْ عَن سَبِيلِ ٱللَّهِۚ إِنَّهُمْ سَآءَ مَا كَانُواْ يَعْمَلُونَ ﴿٢﴾

3. Ivyo zibikora, kuko zemeye mu majambo gusa hanyuma zirahakana mu mitima yazo, gutyo haterwa ikimangu c'ubuhakanyi mu mishaha yazo. Kubera ivyo rero, ntizitegera ngo zikore ibizifitiye akamaro.

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمْ ءَامَنُواْ ثُمَّ كَفَرُواْ فَطُبِعَ عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ فَهُمْ لَا يَفْقَهُونَ ﴿٣﴾

4. Iyo uzibonye, imibiri yazo iraguhimbara. Iyo naho zigize ngo ziravuze, wumva amajambo yazo atomoye, kandi imishaha yazo itagira ukwemera namba, zitanatahura na kimwe; nk'aho zoba ari imbaho zitagira ubuzima zegetswe ku ruhome. Ziyumvira ko ikivuzwe cose, ari zo zitunzwe urutoke kubera ubwoba. Ntumwa y'Imana! Kanatsinda ni zo bansi bawe, uraziyubara rero. Zirakavumwa n'Imana Allah. Ni gute zigarariza ukuri zikaguma mu buryarya n'ubuhuvyi ha kwemera vy'ukuri!

وَإِذَا رَأَيْتَهُمْ تُعْجِبُكَ أَجْسَامُهُمْۖ وَإِن يَقُولُواْ تَسْمَعْ لِقَوْلِهِمْۖ كَأَنَّهُمْ خُشُبٌ مُّسَنَّدَةٌۖ يَحْسَبُونَ كُلَّ صَيْحَةٍ عَلَيْهِمْۚ هُمُ ٱلْعَدُوُّ فَٱحْذَرْهُمْۚ قَٰتَلَهُمُ ٱللَّهُۖ أَنَّىٰ يُؤْفَكُونَ ﴿٤﴾

5. Ntumwa y'Imana! Iyo indyarya zibwiwe ziti: "Enda nyabuna rero, nimuze ku Ntumwa y'Imana musabe ikigongwe, maze na yo ibasabire imbabazi ku Mana Allah", zica zirabira hirya zizungagiza umutwe n'ubwishime n'akantu, ukazibona zikwirengagiza zinasuzugura ko wozisabira;

وَإِذَا قِيلَ لَهُمْ تَعَالَوْاْ يَسْتَغْفِرْ لَكُمْ رَسُولُ ٱللَّهِ لَوَّوْاْ رُءُوسَهُمْ وَرَأَيْتَهُمْ يَصُدُّونَ وَهُم مُّسْتَكْبِرُونَ ﴿٥﴾

سَوَآءٌ عَلَيۡهِمۡ أَسۡتَغۡفَرۡتَ لَهُمۡ أَمۡ لَمۡ تَسۡتَغۡفِرۡ لَهُمۡ لَن يَغۡفِرَ ٱللَّهُ لَهُمۡۚ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَهۡدِي ٱلۡقَوۡمَ ٱلۡفَٰسِقِينَ ٦

6. Ni co kimwe rero kuri zo, uzisabira imbabazi canke utazizisabira, nta mbabazi Imana Allah Izozigirira bitewe no gutsimbatara kwazo mu buhakanyi. Mu vy'ukuri Imana Allah, ntishoboza kwemera abantu b'ibigaba barenga ku mabwirizwa yayo.

هُمُ ٱلَّذِينَ يَقُولُونَ لَا تُنفِقُواْ عَلَىٰ مَنۡ عِندَ رَسُولِ ٱللَّهِ حَتَّىٰ يَنفَضُّواْۗ وَلِلَّهِ خَزَآئِنُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَلَٰكِنَّ ٱلۡمُنَٰفِقِينَ لَا يَفۡقَهُونَ ٧

7. Izo ndyarya, ni zo zibwira ababa i Madina n'ishari n'akantu ziti: "Ntihagire ico muha abakene b'abimukira mu ngendanyi z'Intumwa y'Imana Muhamadi kugeza aho bicwa n'inzara bagata bakomoka". Burya ibigega vy'ibibeshaho ibiremwa: ibiri mw'ijuru n'ibiri kw'isi vyose, ni ivy'Imana Allah; Iha uwo Ishatse, Ikima uwo Ishatse, ariko indyarya ntizizi ko Imana Allah ari Yo Muhanyiwavyose.

يَقُولُونَ لَئِن رَّجَعۡنَآ إِلَى ٱلۡمَدِينَةِ لَيُخۡرِجَنَّ ٱلۡأَعَزُّ مِنۡهَا ٱلۡأَذَلَّۚ وَلِلَّهِ ٱلۡعِزَّةُ وَلِرَسُولِهِۦ وَلِلۡمُؤۡمِنِينَ وَلَٰكِنَّ ٱلۡمُنَٰفِقِينَ لَا يَعۡلَمُونَ ٨

8. Zivuga zigamba n'akantu ziti: "Nitwaramuka dusubiye i Madina (tuvuye ku rugamba), nta kibuza ko abubahitse bazokwomora abagayitse". Nangwa icubahiro c'iteka, ni ic'Imana Allah n'Intumwa yayo hamwe n'abemeramana, mugabo indyarya ntizitahura ivyo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تُلۡهِكُمۡ أَمۡوَٰلُكُمۡ وَلَآ أَوۡلَٰدُكُمۡ عَن ذِكۡرِ ٱللَّهِۚ وَمَن يَفۡعَلۡ ذَٰلِكَ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡخَٰسِرُونَ ٩

9. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimugasamazwe n'amatungo yanyu canke abana banyu, ngo mureke kugamburukira Imana Allah muyininahaza muyitazira. Abazosamazwa n'ivyo rero, abo bazoba bari mu bahomvye ubuzima bwabo.

وَأَنفِقُواْ مِن مَّا رَزَقۡنَٰكُم مِّن قَبۡلِ أَن يَأۡتِيَ أَحَدَكُمُ ٱلۡمَوۡتُ فَيَقُولَ رَبِّ لَوۡلَآ أَخَّرۡتَنِيٓ إِلَىٰٓ أَجَلٖ قَرِيبٖ فَأَصَّدَّقَ وَأَكُن مِّنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ١٠

10. Bemeramana! Enda rero nyabuna nimutange mu vyo Imana Allah Yabahaye, imbere yuko umwe muri mwebwe ashikirwa n'urupfu, maze akavuga yicuza ari ku mpfiro ati: "Mana yanje Rurema Allah! Ubwo ntiwondindiriza gato ngapfuma ntanga imperezwa, ngaheza nkaba mu beranda bakora ivyiza bitegetswe!".

وَلَن يُؤَخِّرَ ٱللَّهُ نَفۡسًا إِذَا جَآءَ أَجَلُهَاۚ وَٱللَّهُ خَبِيرُۢ بِمَا تَعۡمَلُونَ ١١

11. Imana Allah na Yo, ntizorindiriza ikiremwa ico ari co cose umusi waco wo gupfa ugeze. Burya Imana Allah, ni Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mukora, Izonabibahembera.

64. At-Taghaabun (Uruhombo)
Aayah 18, Madina

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يُسَبِّحُ لِلَّهِ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلۡأَرۡضِۖ لَهُ ٱلۡمُلۡكُ وَلَهُ ٱلۡحَمۡدُۖ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٌ ١

1. Ibiri mu majuru no kw'isi vyose, biraninahaza Imana Allah, ubwami n'ishimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose.

2. Ni Yo Yonyene Yabaremye, gutyo muri mwebwe havamwo umuhakanyi n'umwemeramana (umwe wese ku co yahisemwo). Imana Allah na Yo, ni Nyenukubona, Irabona neza ivyo mukora, kandi Izobibahembera.

هُوَ ٱلَّذِى خَلَقَكُمْ فَمِنكُمْ كَافِرٌ وَمِنكُم مُّؤْمِنٌ ۚ وَٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ بَصِيرٌ ﴿٢﴾

3. Yaremye amajuru n'isi mu kuri (ata gufyina kurimwo), Iraheza Irabarema Ibaha n'ishusho ryiza ribabereye. Ni kuri Yo rero, ibiremwa vyose bizosubizwa ku musi w'iharurirwa, kugira Ihembe kimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye.

خَلَقَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضَ بِٱلْحَقِّ وَصَوَّرَكُمْ فَأَحْسَنَ صُوَرَكُمْ ۖ وَإِلَيْهِ ٱلْمَصِيرُ ﴿٣﴾

4. Bantu! Imana Allah Irazi ibiri mu majuru no mw'isi, Iranazi ivyo mugirira mw'ibanga n'ivyo mugirira ku mugaragaro. Kandi burya Imana Allah, Irazi n'ibinyegejwe mu mishaha.

يَعْلَمُ مَا فِى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَيَعْلَمُ مَا تُسِرُّونَ وَمَا تُعْلِنُونَ ۚ وَٱللَّهُ عَلِيمٌۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ﴿٤﴾

5. Babangikanyamana! Mbega, ntimwashikiriwe n'inkuru y'abagararije b'aho hambere! Barahonjeje inkurikizi z'ubugarariji bwabo, baranarindiriwe n'ibihano bibabaza mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

أَلَمْ يَأْتِكُمْ نَبَؤُا۟ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ مِن قَبْلُ فَذَاقُوا۟ وَبَالَ أَمْرِهِمْ وَلَهُمْ عَذَابٌ أَلِيمٌ ﴿٥﴾

6. Ivyo vyose rero, vyatewe n'uko Intumwa zabazanira ibitangaro n'ivyemezo bigaragara, bakavuga n'akagaye n'akantu bati: "Mbega abantu nkatwe, ni bo boturongora!". Ni uko rero, baraheza baragarariza Imana Allah, barahakana n'Intumwa zayo bivuye inyuma, bagenza umugongo ntibemera ukuri, Imana Allah na Yo, Irabirengagiza. Burya Imana Allah, ni Uwikenuye Yikenuye muri vyose; Nyenugushimwa, Ishimwa ku mazina, ku matazirano no ku bikorwa vyayo mu bihe vyose.

ذَٰلِكَ بِأَنَّهُۥ كَانَت تَّأْتِيهِمْ رُسُلُهُم بِٱلْبَيِّنَٰتِ فَقَالُوٓا۟ أَبَشَرٌ يَهْدُونَنَا فَكَفَرُوا۟ وَتَوَلَّوا۟ ۚ وَّٱسْتَغْنَى ٱللَّهُ ۚ وَٱللَّهُ غَنِىٌّ حَمِيدٌ ﴿٦﴾

7. Abagararije, barigamba ko batazozurwa. Ntumwa y'Imana! Babwire uti: "Muzobuzwa n'iki kuzurwa! Ndarahiye kw'izina ry'Imana yanje Rurema ko muzozurwa, hanyuma mumenyeshwe ivyo mwakoze vyose; kandi ivyo biroroshe cane ku Mana Allah".

زَعَمَ ٱلَّذِينَ كَفَرُوٓا۟ أَن لَّن يُبْعَثُوا۟ ۚ قُلْ بَلَىٰ وَرَبِّى لَتُبْعَثُنَّ ثُمَّ لَتُنَبَّؤُنَّ بِمَا عَمِلْتُمْ ۚ وَذَٰلِكَ عَلَى ٱللَّهِ يَسِيرٌ ﴿٧﴾

8. Babangikanyamana! Enda rero nyabuna nimwemere Imana Allah n'Intumwa yayo, mwemere na Qor'ani Twebwe Allah Twamanuriye Intumwa yacu. Burya Imana Allah, Irazi ivyo mukora, ni Muhetuziwavyose.

فَـَٔامِنُوا۟ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَٱلنُّورِ ٱلَّذِىٓ أَنزَلْنَا ۚ وَٱللَّهُ بِمَا تَعْمَلُونَ خَبِيرٌ ﴿٨﴾

9. Nimwibuke n'umusi Imana Allah, Yabakoranirije hamwe ku musi w'iyegeranywa ry'ibiremwa. Uwo, ni wo musi w'uruhombo no kwicuza. Uwo wese rero yemera Imana Allah agakora n'ivyiza bitegetswe, Izomubabarira ibicumuro vyiwe, Imwinjize no mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi. Bazoyibamwo ibihe bidahera, mu nema zamaho. Iyo rero, ni yo ntsinzi ihambaye.

يَوْمَ يَجْمَعُكُمْ لِيَوْمِ ٱلْجَمْعِ ۖ ذَٰلِكَ يَوْمُ ٱلتَّغَابُنِ ۗ وَمَن يُؤْمِنۢ بِٱللَّهِ وَيَعْمَلْ صَٰلِحًا يُكَفِّرْ عَنْهُ سَيِّـَٔاتِهِۦ وَيُدْخِلْهُ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدًا ۚ ذَٰلِكَ ٱلْفَوْزُ ٱلْعَظِيمُ ﴿٩﴾

10. Nayo abagararije mu guhakana ko Allah ari Imana Imwe Rudende, bagahakana n'ivyemezo vyayo Yarungikanye Intumwa, vyerekana ko Ikwiye gusengwa ari Imana Imwe Rudende Itabangikanywa; abo, ni bo bantu rero bo mu muriro udahera, bazowubamwo ibihe bidahera; ayo, ni yo maherezo mabi cane.

وَٱلَّذِينَ كَفَرُواْ وَكَذَّبُواْ بِـَٔايَٰتِنَآ أُوْلَٰٓئِكَ أَصۡحَٰبُ ٱلنَّارِ خَٰلِدِينَ فِيهَاۖ وَبِئۡسَ ٱلۡمَصِيرُ ١٠

11. Nta n'umwe ashikirwa n'ikiza ico ari co cose, kiretse ko kiba ku bushake n'ubushobozi vy'Imana Allah. Uwo wese yemera Imana Allah vy'ukuri, Imana Allah Izoshoboza umushaha wiwe kwakirana umutima ushima ivyagezwe. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, nta co Iyobewe.

مَآ أَصَابَ مِن مُّصِيبَةٍ إِلَّا بِإِذۡنِ ٱللَّهِۗ وَمَن يُؤۡمِنۢ بِٱللَّهِ يَهۡدِ قَلۡبَهُۥۚ وَٱللَّهُ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٞ ١١

12. Bantu! Enda rero nyabuna nimwumvire Imana Allah, mwongere mwumvire n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Nimwagenza umugongo mukagabitanya, ni ukuri Intumwa yacu, ijejwe gusa gushikiriza ubutumwa butomoye.

وَأَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَأَطِيعُواْ ٱلرَّسُولَۚ فَإِن تَوَلَّيۡتُمۡ فَإِنَّمَا عَلَىٰ رَسُولِنَا ٱلۡبَلَٰغُ ٱلۡمُبِينُ ١٢

13. Allah, ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo. Abemeramana rero, nibishimikize Imana Allah bayizere.

ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَۚ وَعَلَى ٱللَّهِ فَلۡيَتَوَكَّلِ ٱلۡمُؤۡمِنُونَ ١٣

14. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Mu vy'ukuri mu bakenyezi banyu no mu bibondo vyanyu, harimwo abansi banyu bashobora kubanyereza, murabiyubara rero. Nimwabagirira ikigongwe mukirengagiza ivyo babagiriye mukanabagumiriza ibanga; mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenimbabazi-ntangere, Nyenimbabazi ku batoni bayo, Izobasubiriza mu ndumane.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِنَّ مِنۡ أَزۡوَٰجِكُمۡ وَأَوۡلَٰدِكُمۡ عَدُوّٗا لَّكُمۡ فَٱحۡذَرُوهُمۡۚ وَإِن تَعۡفُواْ وَتَصۡفَحُواْ وَتَغۡفِرُواْ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٞ رَّحِيمٌ ١٤

15. Mu vy'ukuri amatungo yanyu n'ibibondo vyanyu, ni ibigeragezo kuri mwebwe. Imana Allah na Yo, Irafise impembo ihambaye.

إِنَّمَآ أَمۡوَٰلُكُمۡ وَأَوۡلَٰدُكُمۡ فِتۡنَةٞۚ وَٱللَّهُ عِندَهُۥٓ أَجۡرٌ عَظِيمٞ ١٥

16. Bemeramana! Kubera ivyo rero, nimwitange uko mushoboye kwose mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah; mwumvire n'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) muyigamburukire, maze mutange no mu vyo mwaronkejwe ku neza yanyu. Abazokingirwa ntibabe ingumyi; abo, ni bo rero baronse intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

فَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ مَا ٱسۡتَطَعۡتُمۡ وَٱسۡمَعُواْ وَأَطِيعُواْ وَأَنفِقُواْ خَيۡرٗا لِّأَنفُسِكُمۡۗ وَمَن يُوقَ شُحَّ نَفۡسِهِۦ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡمُفۡلِحُونَ ١٦

17. Nimwagurana Imana Allah ingurane nziza (mu gutanga ku bwayo), Izobagwiriza indishi umurengera, Yongere Ibagumirize akabanga ku vyaha vyanyu, ntibibahanire. Burya Imana Allah, ni Nyenindishi, Isubiriza mu ndumane uwutanga; Nyenubwitonzi-ntangere, ntiyihutira guhana;

إِن تُقۡرِضُواْ ٱللَّهَ قَرۡضًا حَسَنٗا يُضَٰعِفۡهُ لَكُمۡ وَيَغۡفِرۡ لَكُمۡۚ وَٱللَّهُ شَكُورٌ حَلِيمٌ ١٧

18. Izi ibinyegeje n'ibiboneka. Ni Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora.

عَٰلِمُ ٱلۡغَيۡبِ وَٱلشَّهَٰدَةِ ٱلۡعَزِيزُ ٱلۡحَكِيمُ ١٨

65. At-Twalaaq (Ukwahukana)
Aayah 12, Madina

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ewe Muvugishwamana! Nimwashaka (wewe n'abemeramana) kwahukana n'abakenyezi, murahukana na bo mu gihe bavuye mu butinyanka bwabo mutararangurana amabanga y'abubatse[1], gushika aho ikiringo categekanirijwe kwarama ku kwahukana "eda" gihera. Maze muharure, muzigame ico kiringo co kwahukana[2]. Muraheza rero mutinye ibihano vy'Imana yanyu Rurema Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Ntimuzohirahire rero ngo musohore abo bakenyezi mu nzu zabo, na bo ntibazozisohokemwo mu gihe cose ca eda[3], kiretse mu gihe bokora icaha c'agahomerabunwa; nko gusambana. Izo ngingo, ni imbibe z'ibitegetswe n'Imana Allah, ntimukazirengeko ngo mucike ibigaba. Uwo wese rero azorenga ku mbibe z'ibitegetswe n'Imana Allah, ni ukuri azoba yirenganije. Muntu wahukanye! Ntiwobimenya ko kumbure hari n'aho Imana Allah Yokora ikintu cotuma musubirana inyuma y'ukwahukana.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِيُّ إِذَا طَلَّقۡتُمُ ٱلنِّسَآءَ فَطَلِّقُوهُنَّ لِعِدَّتِهِنَّ وَأَحۡصُواْ ٱلۡعِدَّةَۖ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ رَبَّكُمۡۖ لَا تُخۡرِجُوهُنَّ مِنۢ بُيُوتِهِنَّ وَلَا يَخۡرُجۡنَ إِلَّآ أَن يَأۡتِينَ بِفَٰحِشَةٖ مُّبَيِّنَةٖۚ وَتِلۡكَ حُدُودُ ٱللَّهِۚ وَمَن يَتَعَدَّ حُدُودَ ٱللَّهِ فَقَدۡ ظَلَمَ نَفۡسَهُۥۚ لَا تَدۡرِي لَعَلَّ ٱللَّهَ يُحۡدِثُ بَعۡدَ ذَٰلِكَ أَمۡرٗا ١

2. Mu gihe cose rero abakenyezi bazoba bari mu guheza ikiringo co kwarama ku kwahukana "eda", murasubirana na bo ku neza, canke mwahukane na bo ubutagisubirana ku neza ico kiringo giheze. Maze mubimenyeshe ivyabona vy'intungane bibiri muri mwebwe, kandi mube amasura ku bw'Imana Allah ata ho mwegamiye. Ivyo bitegetswe uwemera Imana Allah n'umusi w'umuhero w'isi. Uwo wese atinya ibihano vy'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, Imana Allah Izomworohereza ibimukura mu ngorane;

فَإِذَا بَلَغۡنَ أَجَلَهُنَّ فَأَمۡسِكُوهُنَّ بِمَعۡرُوفٍ أَوۡ فَارِقُوهُنَّ بِمَعۡرُوفٖ وَأَشۡهِدُواْ ذَوَيۡ عَدۡلٖ مِّنكُمۡ وَأَقِيمُواْ ٱلشَّهَٰدَةَ لِلَّهِۚ ذَٰلِكُمۡ يُوعَظُ بِهِۦ مَن كَانَ يُؤۡمِنُ بِٱللَّهِ وَٱلۡيَوۡمِ ٱلۡأٓخِرِۚ وَمَن يَتَّقِ ٱللَّهَ يَجۡعَل لَّهُۥ مَخۡرَجٗا ٢

3. Izonamuha ibimubeshaho mu buryo ataziga. Uwishimikije Imana Allah akayizera rero, Iramurwanako. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irashika ku vyo Ishaka, nta kiyinanira. Ni ukuri Imana Allah, Yaramaze kugera ikintu ico ari co cose;

وَيَرۡزُقۡهُ مِنۡ حَيۡثُ لَا يَحۡتَسِبُۚ وَمَن يَتَوَكَّلۡ عَلَى ٱللَّهِ فَهُوَ حَسۡبُهُۥٓۚ إِنَّ ٱللَّهَ بَٰلِغُ أَمۡرِهِۦۚ قَدۡ جَعَلَ ٱللَّهُ لِكُلِّ شَيۡءٖ قَدۡرٗا ٣

[1] Canke mu gihe vyamaze kuboneka ko bamaze gusama imbanyi.
[2] Kugira mumenye aho catanguriye n'aho kizoherera, mu ntumbero yo kumenya umwanya urekuwemwo gusubirana, mu gihe mwoshaka gusubirana.
[3] Ikiringo ca eda, ni ukuja mu butinyanka gatatu ku bataraca ubutinyanka; canke kumara amezi atatu ku bataraja mu butinyanka n'abamaze kubuca, hisunzwe ikirangamisi c'ikislamu; abibungenze na bo, ikiringo cabo co kwarama, ni ukwibaruka.

4. N’abamaze guca ubutinyanka mu bakenyezi banyu, nimwagira amakenga mu guharura ibiringo vy’ubutinyanka, muraca muharura amezi atatu; ni nk’ukwo nyene kandi muzobigenza no ku bataraja mu butinyanka. Abibungenze na bo, ikiringo cabo ni ukwibaruka imbanyi zabo. Uwo wese atinya ibihano vy'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, Imana Allah Izomworohereza ingorane ziwe kw’isi no mu buzima bw’inyuma yo gupfa.

وَٱلَّٰٓـِٔي يَئِسۡنَ مِنَ ٱلۡمَحِيضِ مِن نِّسَآئِكُمۡ إِنِ ٱرۡتَبۡتُمۡ فَعِدَّتُهُنَّ ثَلَٰثَةُ أَشۡهُرٖ وَٱلَّٰٓـِٔي لَمۡ يَحِضۡنَۚ وَأُوْلَٰتُ ٱلۡأَحۡمَالِ أَجَلُهُنَّ أَن يَضَعۡنَ حَمۡلَهُنَّۚ وَمَن يَتَّقِ ٱللَّهَ يَجۡعَل لَّهُۥ مِنۡ أَمۡرِهِۦ يُسۡرٗا ٤

5. Izo ngingo rero, ni itegeko ry’Imana Allah Yabamanuriye ngo muryubahirize. Uwuzogamburukira Imana Allah, Izomuhanagurira ibicumuro vyiwe, Yongere Imugwirize indishi amahanga, Inamwinjize no mu Bwami bw’ijuru.

ذَٰلِكَ أَمۡرُ ٱللَّهِ أَنزَلَهُۥٓ إِلَيۡكُمۡۚ وَمَن يَتَّقِ ٱللَّهَ يُكَفِّرۡ عَنۡهُ سَيِّـَٔاتِهِۦ وَيُعۡظِمۡ لَهُۥٓ أَجۡرًا ٥

6. Muragumiza abakenyezi mu gihe cose baramye mu buraro aho muba, mwisunze ubushobozi bwanyu. Ntimuze mubabangamire mu bwigenge, mu mfungurwa canke mu buraro. Nibaba bafise imbanyi naho, murabaha ibibabeshaho gushika bibaruke. Nibabonkereza abana mumaze kwahukana, murabaha agashimwe kabo, maze muje inama n’ingingo hagati yanyu ku neza. Nimutahuza ku ngingo y’ukwonsa, uyo mwana azoheza yonswe n’uwundi muvyeyi.

أَسۡكِنُوهُنَّ مِنۡ حَيۡثُ سَكَنتُم مِّن وُجۡدِكُمۡ وَلَا تُضَآرُّوهُنَّ لِتُضَيِّقُواْ عَلَيۡهِنَّۚ وَإِن كُنَّ أُوْلَٰتِ حَمۡلٖ فَأَنفِقُواْ عَلَيۡهِنَّ حَتَّىٰ يَضَعۡنَ حَمۡلَهُنَّۚ فَإِنۡ أَرۡضَعۡنَ لَكُمۡ فَـَٔاتُوهُنَّ أُجُورَهُنَّۖ وَأۡتَمِرُواْ بَيۡنَكُم بِمَعۡرُوفٖۖ وَإِن تَعَاسَرۡتُمۡ فَسَتُرۡضِعُ لَهُۥٓ أُخۡرَىٰ ٦

7. Uwisunununye mu buryo rero, aratanga ibibeshaho uwo bahukanye n'umwana yibarutse yisunze ubushobozi bwiwe. Nayo uwuzokehanirwa n’uburyo, aratanga mu vyo Uhoraho Allah Yamushoboje kuronka. Imana Allah, ntitegeka umuntu kiretse ku rugero Yamushobojeko. Imana Allah, Izomukenura inyuma y’ubukene.

لِيُنفِقۡ ذُو سَعَةٖ مِّن سَعَتِهِۦۖ وَمَن قُدِرَ عَلَيۡهِ رِزۡقُهُۥ فَلۡيُنفِقۡ مِمَّآ ءَاتَىٰهُ ٱللَّهُۚ لَا يُكَلِّفُ ٱللَّهُ نَفۡسًا إِلَّا مَآ ءَاتَىٰهَاۚ سَيَجۡعَلُ ٱللَّهُ بَعۡدَ عُسۡرٖ يُسۡرٗا ٧

8. Abantu baba mu bisagara vyinshi, baragararije amategeko y’Imana yabo Rurema Allah n’ay'Intumwa zayo, Turaheza Twebwe Allah, Turabaharurira bikomeye ibikorwa vyabo kw’isi, Turanabaha n’ibihano vy’agacamutwe;

وَكَأَيِّن مِّن قَرۡيَةٍ عَتَتۡ عَنۡ أَمۡرِ رَبِّهَا وَرُسُلِهِۦ فَحَاسَبۡنَٰهَا حِسَابٗا شَدِيدٗا وَعَذَّبۡنَٰهَا عَذَابٗا نُّكۡرٗا ٨

9. Maze barahonja inkurikizi z’ubuhakanyi bwabo. Vyongeye, amaherezo yabo kwari uguhona n’agahombo;

فَذَاقَتۡ وَبَالَ أَمۡرِهَا وَكَانَ عَٰقِبَةُ أَمۡرِهَا خُسۡرًا ٩

10. Imana Allah Yarabateguriye ibihano ruhasha. Emwe banyabwenge bemeye Imana Allah n’Intumwa zayo bakubahiriza n’amabwirizwa yayo! Kubera ivyo rero, nimutinye ibihano vy'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Mu vy’ukuri Imana Allah, Yaramaze kubamanurira urwibutso;

أَعَدَّ ٱللَّهُ لَهُمۡ عَذَابٗا شَدِيدٗاۖ فَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ يَٰٓأُوْلِي ٱلۡأَلۡبَٰبِ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْۖ قَدۡ أَنزَلَ ٱللَّهُ إِلَيۡكُمۡ ذِكۡرٗا ١٠

رَّسُولًا يَتْلُواْ عَلَيْكُمْ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ مُبَيِّنَٰتٍ لِّيُخْرِجَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ مِنَ ٱلظُّلُمَٰتِ إِلَى ٱلنُّورِ ۚ وَمَن يُؤْمِنۢ بِٱللَّهِ وَيَعْمَلْ صَٰلِحًا يُدْخِلْهُ جَنَّٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدًا ۖ قَدْ أَحْسَنَ ٱللَّهُ لَهُۥ رِزْقًا ﴿١١﴾

11. Urwo rwibutso Yabamanuriye rero si urundi, ni Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ibasomera Aayah zayo zitomora ukuri n'ikinyoma, kugira Imana Allah Ikure mu muzimagiza w'ubugarariji, abemera Imana Allah n'Intumwa yayo bakanakora n'ivyiza bitegetswe, Iheze Ibashire mu muco w'ukwemera. Uwo wese yemera Imana Allah agakora n'ivyiza bitegetswe rero, Imana Allah Izomwinjiza mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera, mu nema zamaho. Ni ukuri Imana Allah, Yarateguriye umwemeramana imfugurwa z'akaroruhore mu Bwami bw'ijuru.

ٱللَّهُ ٱلَّذِى خَلَقَ سَبْعَ سَمَٰوَٰتٍ وَمِنَ ٱلْأَرْضِ مِثْلَهُنَّ ۖ يَتَنَزَّلُ ٱلْأَمْرُ بَيْنَهُنَّ لِتَعْلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ۙ وَأَنَّ ٱللَّهَ قَدْ أَحَاطَ بِكُلِّ شَىْءٍ عِلْمًۢا ﴿١٢﴾

12. Imana Allah, ni Yo Yaremye amajuru indwi n'isi indwi. Hagati yayo, hururuka amategeko atunganiriza ibiremwa, hamwe n'ingingo zayo zihishuriwe Intumwa zayo, kugira ngo mumenye yuko Imana Allah Ishoboye ikintu ico ari co cose, n'uko Imana Allah ubumenyi bwayo bukikuje ikintu ico ari co cose.

66. At-Tahriim (Ukuziririza)
Aayah 12, Madina

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِىُّ لِمَ تُحَرِّمُ مَآ أَحَلَّ ٱللَّهُ لَكَ ۖ تَبْتَغِى مَرْضَاتَ أَزْوَٰجِكَ ۚ وَٱللَّهُ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿١﴾

1. Ewe Muvugishwamana! Ni kuki uziririza gufungura ivyo Imana Allah Yakurekuriye, urondera gushimisha abakenyezi bawe? Imana Allah, ni Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimpuhwe ku batoni bayo.

قَدْ فَرَضَ ٱللَّهُ لَكُمْ تَحِلَّةَ أَيْمَٰنِكُمْ ۚ وَٱللَّهُ مَوْلَىٰكُمْ ۖ وَهُوَ ٱلْعَلِيمُ ٱلْحَكِيمُ ﴿٢﴾

2. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yarabategetse kugira icuhagizo mu kuzirura ivyo mwarahiriye[1]. Imana Allah, ni Yo Muhagarikizi wanyu Nkinzoyabatoni, ni na Yo Nyenubumenyikurivyose, Intungane mu vyo Ikora.

وَإِذْ أَسَرَّ ٱلنَّبِىُّ إِلَىٰ بَعْضِ أَزْوَٰجِهِۦ حَدِيثًا فَلَمَّا نَبَّأَتْ بِهِۦ وَأَظْهَرَهُ ٱللَّهُ عَلَيْهِ عَرَّفَ بَعْضَهُۥ وَأَعْرَضَ عَنۢ بَعْضٍ ۖ فَلَمَّا نَبَّأَهَا بِهِۦ قَالَتْ مَنْ أَنۢبَأَكَ هَٰذَا ۖ قَالَ نَبَّأَنِىَ ٱلْعَلِيمُ ٱلْخَبِيرُ ﴿٣﴾

3. Ibuka n'igihe Umuvugishwamana[2] yongorera umukenyezi wiwe Hafswa umukobwa wa Omari (Imana Allah Imwishimire) ko atagisubira gufungura ubuki, uyo mukenyezi amaze kumenyesha iyo nkuru Aisha umukobwa wa Abu Bakri (Imana Allah Imwishimire), Imana Allah na Yo Ikamenyesha Umuvugishwamana ko nya nkuru yamenyekanye, wa Muvugishwamana yaciye ahishuka umukenyezi wiwe Hafswa umukobwa wa Omari

[1] Ico cuhagizo rero co kuzirura ivyo umuntu yaziririje mu kurahira, ni ugufungurira abakene cumi, canke kubambika, canke guha ubwigenge umugurano. Uwudashoboye kugira kimwe muri vyo, araheza agapfunga imisi itatu.

[2] Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

(Imana Allah Imwishimire) bimwe mu vyo yaseruye, araheza yirengagiza ibindi. Amaze kubimwiganira rero ido n'ido, wa mukenyezi yaramubajije ati: "Ni nde yabikubwiye?!". Na we amwishura ati: "Nabibwiwe n'Imana Allah Nyenubumenyikurivyose, Muhetuziwavyose".

إِن تَتُوبَآ إِلَى ٱللَّهِ فَقَدۡ صَغَتۡ قُلُوبُكُمَاۖ وَإِن تَظَٰهَرَا عَلَيۡهِ فَإِنَّ ٱللَّهَ هُوَ مَوۡلَىٰهُ وَجِبۡرِيلُ وَصَٰلِحُ ٱلۡمُؤۡمِنِينَۖ وَٱلۡمَلَٰٓئِكَةُ بَعۡدَ ذَٰلِكَ ظَهِيرٌ ٤

4. Ewe Hafswa na Aisha! Nimwigaya ku Mana Allah, imishaha yanyu izoba yahisemwo gusaba imbabazi. Nimwateranira Umuvugishwamana, mugafashanya gukora ibimushavuza naho; ni ukuri Imana Allah, ni Yo Mutabazi wiwe, n'umumalayika Jibrili, hamwe n'aberanda mu bemeramana. Vyongeye, n'abamalayika bose inyuma y'aho bazomurwanako.

عَسَىٰ رَبُّهُۥٓ إِن طَلَّقَكُنَّ أَن يُبۡدِلَهُۥٓ أَزۡوَٰجًا خَيۡرًا مِّنكُنَّ مُسۡلِمَٰتٖ مُّؤۡمِنَٰتٖ قَٰنِتَٰتٖ تَٰٓئِبَٰتٍ عَٰبِدَٰتٖ سَٰٓئِحَٰتٖ ثَيِّبَٰتٖ وَأَبۡكَارًا ٥

5. Kumbure niyahukana na mwe, Imana yiwe Rurema Allah Izomushingira abandi bakenyezi b'intore kubasumba, abislamukazi bicisha bugufi, abemeramanakazi bagamburuka, bigaya ivyaha iyo bacumuye, biyegereza cane ku Mana Allah, bipfunga, abagore n'inkumi zikiri amasugi.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ قُوٓاْ أَنفُسَكُمۡ وَأَهۡلِيكُمۡ نَارٗا وَقُودُهَا ٱلنَّاسُ وَٱلۡحِجَارَةُ عَلَيۡهَا مَلَٰٓئِكَةٌ غِلَاظٞ شِدَادٞ لَّا يَعۡصُونَ ٱللَّهَ مَآ أَمَرَهُمۡ وَيَفۡعَلُونَ مَا يُؤۡمَرُونَ ٦

6. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwikingire, mwebwe n'imiryango yanyu, umuriro udahera; ivyegenyezo vyawo, ni abantu n'amabuye. Uwo muriro, ucungerewe n'abamalayika b'ibihangange badahesha, ntibigera baca kubiri n'itegeko bahawe n'Imana Allah, kandi bashira mu ngiro ivyo bategetswe.

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لَا تَعۡتَذِرُواْ ٱلۡيَوۡمَۖ إِنَّمَا تُجۡزَوۡنَ مَا كُنتُمۡ تَعۡمَلُونَ ٧

7. Abagararije mu guhakana ko Allah ari Imana Imwe Rudende, bazohamagarwa igihe co kwinjizwa mu muriro udahera bati: "Emwe bahakanye! Ntimugire ico mwireguza kuri uno musi; mu vy'ukuri, murihwa ku vyo mwari mwarakoze kw'isi".

يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ تُوبُوٓاْ إِلَى ٱللَّهِ تَوۡبَةٗ نَّصُوحًا عَسَىٰ رَبُّكُمۡ أَن يُكَفِّرَ عَنكُمۡ سَيِّـَٔاتِكُمۡ وَيُدۡخِلَكُمۡ جَنَّٰتٖ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ يَوۡمَ لَا يُخۡزِي ٱللَّهُ ٱلنَّبِيَّ وَٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مَعَهُۥۖ نُورُهُمۡ يَسۡعَىٰ بَيۡنَ أَيۡدِيهِمۡ وَبِأَيۡمَٰنِهِمۡ يَقُولُونَ رَبَّنَآ أَتۡمِمۡ لَنَا نُورَنَا وَٱغۡفِرۡ لَنَآۖ إِنَّكَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٖ قَدِيرٞ ٨

8. Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwigaye nya kwigaya ku Mana Allah, kumbure Imana yanyu Rurema Allah Yobahanagurira ibicumuro vyanyu, Ikazonabinjiza no mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyaho hatemba inzuzi, ku musi Imana Allah Itazotetereza Umuvugishwamana n'abemeramana bari kumwe na we, umuco w'ukwemera kwabo uzobarongora imbere yabo n'iburyo bwabo, mu gihe co kurengana ku kiraro gitambitswe hejuru y'umuriro "Swiraatwu" bagana mu Bwami bw'ijuru, bazoba bariko baravuga bati: "Mana yacu Rurema Allah! Dukwirize umuco wacu, ukomeze gushika mu Bwami bw'ijuru, Utugumirize akabanga ku

vyaha vyacu ntubiduhanire. Mu vy'ukuri Wewe, uri Mushoboravyose".

يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِيُّ جَٰهِدِ ٱلْكُفَّارَ وَٱلْمُنَٰفِقِينَ وَٱغْلُظْ عَلَيْهِمْ ۚ وَمَأْوَىٰهُمْ جَهَنَّمُ ۖ وَبِئْسَ ٱلْمَصِيرُ ﴿٩﴾

9. Ewe Muvugishwamana! Hangana n'abahakanyi bakurwanya ukoresheje inguvu, uheze ukoreshe ingingo n'amabwirizwa y'Imana Allah mu guhangana n'indyarya, kandi ukarire iyo migwi yompi. Ubushikiro bwabo, ni mu muriro wa Jahannamu. Iryo, ni ryo herezo ribi.

ضَرَبَ ٱللَّهُ مَثَلًا لِّلَّذِينَ كَفَرُوا۟ ٱمْرَأَتَ نُوحٍ وَٱمْرَأَتَ لُوطٍ ۖ كَانَتَا تَحْتَ عَبْدَيْنِ مِنْ عِبَادِنَا صَٰلِحَيْنِ فَخَانَتَاهُمَا فَلَمْ يُغْنِيَا عَنْهُمَا مِنَ ٱللَّهِ شَيْـًٔا وَقِيلَ ٱدْخُلَا ٱلنَّارَ مَعَ ٱلدَّٰخِلِينَ ﴿١٠﴾

10. Imana Allah Yarahaye abahakanye, akarorero k'umugore w'Intumwa y'Imana Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), n'ak'umugore w'Intumwa y'Imana Luutwi (nyakugira amahoro y'Imana Allah). Bari abakenyezi b'abaja babiri mu baja bacu beranda[1], maze barabahemukira mu kwemera, baraheza baragarariza. Nta n'ico babamariye ngo babakize ibihano vy'Imana Allah. Bazoheza rero babwirwe ku musi w'izuka bati: "Nimwinjire hamwe n'abinjira mu muriro udahera".

وَضَرَبَ ٱللَّهُ مَثَلًا لِّلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱمْرَأَتَ فِرْعَوْنَ إِذْ قَالَتْ رَبِّ ٱبْنِ لِى عِندَكَ بَيْتًا فِى ٱلْجَنَّةِ وَنَجِّنِى مِن فِرْعَوْنَ وَعَمَلِهِۦ وَنَجِّنِى مِنَ ٱلْقَوْمِ ٱلظَّٰلِمِينَ ﴿١١﴾

11. Imana Allah Yarahaye kandi abemeramana, akarorero k'umukenyezi w'umwemeramanakazi, umupfasoni wa Firawuni, igihe yavuga ati: "Mana yanje Rurema Allah! Nyubakira inzu iwawe mu Bwami bw'ijuru, maze Unkize, Unkure mu minwe ya Firawuni n'ibikorwa vyiwe bibi, Wongere Unkize abantu birenganije mu kurenga ku mabwirizwa yawe";

وَمَرْيَمَ ٱبْنَتَ عِمْرَٰنَ ٱلَّتِىٓ أَحْصَنَتْ فَرْجَهَا فَنَفَخْنَا فِيهِ مِن رُّوحِنَا وَصَدَّقَتْ بِكَلِمَٰتِ رَبِّهَا وَكُتُبِهِۦ وَكَانَتْ مِنَ ٱلْقَٰنِتِينَ ﴿١٢﴾

12. Imana Allah Irongera Igaha abemeramana, akarorero ka Mariyamu umukobwa wa Imraani, yabungabunze ubwambure bwiwe, maze Tumuhuhiramwo inkomoko y'ubuzima "Roho" ivuye iwacu Twebwe Allah, gutyo asama imbanyi y'Intumwa y'Imana Isa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), aranemera amabwirizwa y'Imana yiwe Rurema Allah hamwe n'Ibitabu vyayo. Yari no mu bagamburukira cane Imana Allah.

67. Al-Mulk (Inganji)
Aayah 30, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

تَبَارَكَ ٱلَّذِى بِيَدِهِ ٱلْمُلْكُ وَهُوَ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ قَدِيرٌ ﴿١﴾

1. Harakubahwa Nyenimigisha-ntangere ku biremwa, We Rugaba w'inganji y'isi n'ijuru; ni na We Mushoboravyose.

ٱلَّذِى خَلَقَ ٱلْمَوْتَ وَٱلْحَيَوٰةَ لِيَبْلُوَكُمْ أَيُّكُمْ أَحْسَنُ عَمَلًا ۚ

2. Bantu! Ni We Yaremye urupfu n'ubuzima kugira Abageregeze, haheze hamenyekane uwukora ivyiza ku

[2] Aka karorero, karerekana ko kugira ico mupfana n'Intumwa canke aberanda, ata co vyokumarira mu gihe woba urangwa n'ibikorwa bibi.

bwiwe kurusha abandi[1]. Ni na We Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Nyenimbabazi-ntangere.

وَهُوَ ٱلۡعَزِيزُ ٱلۡغَفُورُ ٢

3. Ni we Yaremye amajuru indwi agerekeranye. Muntu wihweza ibintu n'ibindi! Ntushobora kubona amahinyu n'ubudasa mu vyaremwe na Nyenimpuhwe. Enda nyabuna rero, subiza amaso inyuma wihweze, hari amahinyu ushobora kubona!

ٱلَّذِي خَلَقَ سَبۡعَ سَمَٰوَٰتٖ طِبَاقٗاۖ مَّا تَرَىٰ فِي خَلۡقِ ٱلرَّحۡمَٰنِ مِن تَفَٰوُتٖۖ فَٱرۡجِعِ ٱلۡبَصَرَ هَلۡ تَرَىٰ مِن فُطُورٖ ٣

4. Subiza amaso yawe inyuma wihweze ubugira kandi, amaso azokugarukako arushe, ateterewe ata n'amahinyu abonye.

ثُمَّ ٱرۡجِعِ ٱلۡبَصَرَ كَرَّتَيۡنِ يَنقَلِبۡ إِلَيۡكَ ٱلۡبَصَرُ خَاسِئٗا وَهُوَ حَسِيرٞ ٤

5. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarasharije ijuru riri hafi yanyu n'inyenyeri zakaka nk'amatara, Turaheza Tuzigira ibishirira nyakotsi vyo gutera amashetani iyo ahirahiye akaja gusuma urusaku. Twaranateguriye amashetani mu buzima bw'inyuma yo gupfa, ibihano vy'umuriro wama wegenyejwe.

وَلَقَدۡ زَيَّنَّا ٱلسَّمَآءَ ٱلدُّنۡيَا بِمَصَٰبِيحَ وَجَعَلۡنَٰهَا رُجُومٗا لِّلشَّيَٰطِينِۖ وَأَعۡتَدۡنَا لَهُمۡ عَذَابَ ٱلسَّعِيرِ ٥

6. N'abagararije mu bantu Imana yabo Rurema Allah, barategekanirijwe ibihano vyo mu muriro wa Jahannamu. Iryo, ni ryo herezo ribi cane.

وَلِلَّذِينَ كَفَرُواْ بِرَبِّهِمۡ عَذَابُ جَهَنَّمَۖ وَبِئۡسَ ٱلۡمَصِيرُ ٦

7. Nibawutabwamwo, bazowumva usuma bimwe biteye ubwoba uriko urarurumba.

إِذَآ أُلۡقُواْ فِيهَا سَمِعُواْ لَهَا شَهِيقٗا وَهِيَ تَفُورُ ٧

8. Uwo muriro, uhakwa gushwanyagurika kubera ishavu ufitiye abagararije. Uko hatawemwo umugwi w'ababahakanyi, ni ko abawucungera bazobabaza bati: "Mbega ntuze, nta Mugabisha yigeze abashikira kw'isi?";

تَكَادُ تَمَيَّزُ مِنَ ٱلۡغَيۡظِۖ كُلَّمَآ أُلۡقِيَ فِيهَا فَوۡجٞ سَأَلَهُمۡ خَزَنَتُهَآ أَلَمۡ يَأۡتِكُمۡ نَذِيرٞ ٨

9. Na bo bazokwishura bati: "Egome! Umugabisha yaradushikiriye, turaheza turamuhakana twivuye inyuma, tuvuga duti: "Nta na kimwe Imana Allah, Yigeze Ihishurira umuntu. Kanatsinda mwebwe Intumwa, nta co murimwo atari umuzimagiza ukomeye ubaganisha kure cane y'ukuri"".

قَالُواْ بَلَىٰ قَدۡ جَآءَنَا نَذِيرٞ فَكَذَّبۡنَا وَقُلۡنَا مَا نَزَّلَ ٱللَّهُ مِن شَيۡءٍ إِنۡ أَنتُمۡ إِلَّا فِي ضَلَٰلٖ كَبِيرٖ ٩

10. Bazokwongera bavuge bicuza bati: "Iyo tuza kwumva ukuri twashikirijwe canke tukagira ubwenge bwo gutahura ivyo turarikirwa, ntitwari kuba mu bantu bo mu muriro wama wegenyejwe".

وَقَالُواْ لَوۡ كُنَّا نَسۡمَعُ أَوۡ نَعۡقِلُ مَا كُنَّا فِيٓ أَصۡحَٰبِ ٱلسَّعِيرِ ١٠

11. Bazoheza rero bemange ukuri kwamye ibicumuro vyabo. Kubera ivyo rero, uguhanwa nya guhanwa, ni ukw'abantu bo mu muriro wama wegenyejwe.

فَٱعۡتَرَفُواْ بِذَنۢبِهِمۡ فَسُحۡقٗا لِّأَصۡحَٰبِ ٱلسَّعِيرِ ١١

12. Mu vy'ukuri, abatinya Imana yabo Rurema Allah bakayisenga bihererey, batinya guhanwa mu buzima bw'inyuma yo gupfa, bazogumirizwa akabanga ku vyaha

إِنَّ ٱلَّذِينَ يَخۡشَوۡنَ رَبَّهُم بِٱلۡغَيۡبِ لَهُم مَّغۡفِرَةٞ وَأَجۡرٞ كَبِيرٞ ١٢

[1] Iyi Aayah, irarikira abantu gukora ivyiza bitegetswe, ikanabihaniza gukora ibibi bibujijwe.

vyabo, vyirengagizwe ntibabihanirwe, bazonaronka n'impano nta ngere kandi zamaho mu Bwami bw'ijuru.

13. Bantu! Nimushake mwongorerane ijambo ryanyu canke murivugire ku mugaragaro, nta kitamenyekana ku Mana Allah. Mu vy'ukuri Imana Allah, Irazi ibihishijwe mu mishaha.

وَأَسِرُّواْ قَوْلَكُمْ أَوِ ٱجْهَرُواْ بِهِۦٓ ۖ إِنَّهُۥ عَلِيمٌۢ بِذَاتِ ٱلصُّدُورِ ﴿١٣﴾

14. Mbega Imana Yaremye, Yoreka kubimenya gute kandi ari Yo Rumenyi-Rudahishwa, Muhetuziwavyose!

أَلَا يَعْلَمُ مَنْ خَلَقَ وَهُوَ ٱللَّطِيفُ ٱلْخَبِيرُ ﴿١٤﴾

15. Ni Yo Yaborohereje kuba kw'isi no kuyikorerako. Kubera ivyo rero, nimugendagende mukwiragire mu mihingo yayo yose, mufungure no mu vyo Ibahaye. Ni kuri Yo gusa muzosubira, kugira muharurirwe, muhemberwe n'ivyo mwakoze[1].

هُوَ ٱلَّذِى جَعَلَ لَكُمُ ٱلْأَرْضَ ذَلُولًا فَٱمْشُواْ فِى مَنَاكِبِهَا وَكُلُواْ مِن رِّزْقِهِۦ ۖ وَإِلَيْهِ ٱلنُّشُورُ ﴿١٥﴾

16. Emwe bagarariji! Mbega mwoba muri mu mahoro ku Mana Allah Iri hejuru, ku buryo Itobafuririra mw'isi ikabamira mu kanya gato isase, maze ikabajegeza na nyamugigima!

ءَأَمِنتُم مَّن فِى ٱلسَّمَآءِ أَن يَخْسِفَ بِكُمُ ٱلْأَرْضَ فَإِذَا هِىَ تَمُورُ ﴿١٦﴾

17. Canke mwoba muri mu mahoro ku Mana Allah Iri hejuru, ku buryo Itobarungikira igihuhusi c'urubuye, ari na ho mwomenya ko ubugabisha bwanje bwari ubw'ukuri!

أَمْ أَمِنتُم مَّن فِى ٱلسَّمَآءِ أَن يُرْسِلَ عَلَيْكُمْ حَاصِبًا ۖ فَسَتَعْلَمُونَ كَيْفَ نَذِيرِ ﴿١٧﴾

18. Nta nkeka ko ab'aho hambere y'abagarariji b'i Makka, bagararije bivuye inyuma Intumwa barungikiwe. Mbega none, ukubihaniza kwanje Jewe Allah ko batogarariza n'uko batokwihakana inema zanje, vyabashikanye kuki atari ibihano!

وَلَقَدْ كَذَّبَ ٱلَّذِينَ مِن قَبْلِهِمْ فَكَيْفَ كَانَ نَكِيرِ ﴿١٨﴾

19. Mbega abagarariji, ntibabona ukungene inyoni ziri hejuru yabo mu kirere ziguruka zigoroye amababa umwanya muremure, zikongera zikayazinga! Ntawuzigumya ngo ntizikoroke atari Nyenimpuhwe Allah. Mu vy'ukuri, Iyo Mana Nyenimpuhwe, ni Yo Nyenukubona, Ibona ikintu ico ari co cose;

أَوَلَمْ يَرَوْاْ إِلَى ٱلطَّيْرِ فَوْقَهُمْ صَٰٓفَّٰتٍ وَيَقْبِضْنَ ۚ مَا يُمْسِكُهُنَّ إِلَّا ٱلرَّحْمَٰنُ ۚ إِنَّهُۥ بِكُلِّ شَىْءٍۭ بَصِيرٌ ﴿١٩﴾

20. Ahubwo mbere, ni izihe ngabo zanyu zobakiza ibihano vy'Imana Allah, atari Nyenimpuhwe Allah! Nta gituma abagarariji bahakana Imana Allah, atari uguhendwa na shetani;

أَمَّنْ هَٰذَا ٱلَّذِى هُوَ جُندٌ لَّكُمْ يَنصُرُكُم مِّن دُونِ ٱلرَّحْمَٰنِ ۚ إِنِ ٱلْكَٰفِرُونَ إِلَّا فِى غُرُورٍ ﴿٢٠﴾

21. Ahubwo nyene, ni nde yobafungurira mu gihe Imana Rugiravyose Yohagarika kubafungurira! Ahubwo abagarariji ha kwikebuka, baguma bahakana banahunga ukuri.

أَمَّنْ هَٰذَا ٱلَّذِى يَرْزُقُكُمْ إِنْ أَمْسَكَ رِزْقَهُۥ ۚ بَل لَّجُّواْ فِى عُتُوٍّ وَنُفُورٍ ﴿٢١﴾

[2] Iyi Aayah, irahimiriza abantu kurondera ikibabeshaho bizeye Imana Imwe Rudende Allah, ikanabibutsa gushima inema zayo, ikabihaniza kuganzwa n'ivy'isi.

22. Mbega uwugenda yunamitse umutwe wiwe hasi, atabona iyo aja, yoba ari we atumbereye inzira igororotse kurusha! Canke uwugenda yunamutse, agororotse, abona iyo aja, ni we yoba ari mu nzira igororotse ishika[1]!

أَفَمَن يَمْشِى مُكِبًّا عَلَىٰ وَجْهِهِۦٓ أَهْدَىٰٓ أَمَّن يَمْشِى سَوِيًّا عَلَىٰ صِرَٰطٍ مُّسْتَقِيمٍ ﴿٢٢﴾

23. Ntumwa y'Imana! Vuga ubabwire uti: "Imana Allah, ni Yo Yabaremye; Ibaha amatwi kugira mushobore kwumva; Ibaha n'amaso kugira mushobore kubona; Ibaha n'imishaha kugira mushobore gutahura, ariko rero mushima gake cane!";

قُلْ هُوَ ٱلَّذِىٓ أَنشَأَكُمْ وَجَعَلَ لَكُمُ ٱلسَّمْعَ وَٱلْأَبْصَٰرَ وَٱلْأَفْـِٔدَةَ ۖ قَلِيلًا مَّا تَشْكُرُونَ ﴿٢٣﴾

24. Vuga ubabwire uti: "Imana Allah, ni Yo Yabaremye Ibakwiragiza hose kw'isi, ni no kuri Yo rero muzokwegeranirizwa ku musi w'izuka".

قُلْ هُوَ ٱلَّذِى ذَرَأَكُمْ فِى ٱلْأَرْضِ وَإِلَيْهِ تُحْشَرُونَ ﴿٢٤﴾

25. Abagarariji na bo barinamura bakavuga bati: "Iryo sango ry'umusi w'izuka, rizoshika ryari ga Muhama? Bemeramana! Nimwaba muvugisha ukuri, nimutubwire isango ry'uyo musi!";

وَيَقُولُونَ مَتَىٰ هَٰذَا ٱلْوَعْدُ إِن كُنتُمْ صَٰدِقِينَ ﴿٢٥﴾

26. Ntumwa y'Imana! Bishure uvuge uti: "Ubumenyi bw'isango ry'umusi w'umuhero w'isi, buzwi gusa n'Imana Allah. Jewe mu vy'ukuri, ndi Umugabisha gusa ku bihano vyayo, ntomora amabwirizwa yayo".

قُلْ إِنَّمَا ٱلْعِلْمُ عِندَ ٱللَّهِ وَإِنَّمَآ أَنَا۠ نَذِيرٌ مُّبِينٌ ﴿٢٦﴾

27. Igihe abagarariji babonye ibihano vy'Imana vyegereje, bazokwijirirwa mu maso, baheze babwirwe n'abamalayika bacungera umuriro n'agashinyaguro n'akantu, bati: "Ivyo, ni vya bihano mwahora musaba ku gutebura ko mwobihabwa kw'isi".

فَلَمَّا رَأَوْهُ زُلْفَةً سِيٓـَٔتْ وُجُوهُ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ وَقِيلَ هَٰذَا ٱلَّذِى كُنتُم بِهِۦ تَدَّعُونَ ﴿٢٧﴾

28. Ntumwa y'Imana! Vuga ubabwire uti: "Bagarariji! Nimumbwire, hamwe Imana Allah Yonyica hamwe n'abemeramana turi kumwe, canke Ikatubeshaho ku mpuhwe zayo, ni nde azokingira abagarariji ibihano vyayo bibabaza!".

قُلْ أَرَءَيْتُمْ إِنْ أَهْلَكَنِىَ ٱللَّهُ وَمَن مَّعِىَ أَوْ رَحِمَنَا فَمَن يُجِيرُ ٱلْكَٰفِرِينَ مِنْ عَذَابٍ أَلِيمٍ ﴿٢٨﴾

29. Ntumwa y'Imana! Nibatarikura mu kanwa, uraca ubabwira uti: "Ni Imana Allah Nyenimpuhwe, ni Yo twemeye twubahiriza n'amabwirizwa yayo, ni na Yo twishimikije, tunazeyeko n'uburaro n'uburamuko. Mu gihe kitari kirekire rero, muzomenya neza uwuri mu muzimagiza ugaragara, uri kure y'ukuri".

قُلْ هُوَ ٱلرَّحْمَٰنُ ءَامَنَّا بِهِۦ وَعَلَيْهِ تَوَكَّلْنَا ۖ فَسَتَعْلَمُونَ مَنْ هُوَ فِى ضَلَٰلٍ مُّبِينٍ ﴿٢٩﴾

30. Ntumwa y'Imana! Vuga ubabwire uti: "Mbega mubona gute, mu gihe mwovyuka musanga amazi yanyu mwikorako yanyitse, ni nde wundi yobaronsa amazi meza y'iriba, atari Nyenimpuhwe Allah!".

قُلْ أَرَءَيْتُمْ إِنْ أَصْبَحَ مَآؤُكُمْ غَوْرًا فَمَن يَأْتِيكُم بِمَآءٍ مَّعِينٍ ﴿٣٠﴾

[1] Ako, ni akarorero k'umugarariji n'umwemeramana.

68. Al-Qalam (Ikaramu)
Aayah 52, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Nuun[1]. Jewe Allah, Ndarahiye kw'ikaramu n'ivyo abamalayika n'abantu bayandikisha!	نٓ وَٱلْقَلَمِ وَمَا يَسْطُرُونَ ﴿١﴾
2. Ko wewe Intumwa Muhamadi, utari umusazi namba kubera inema wahawe n'Imana yawe Rurema Allah mu kukugira Intumwa!	مَآ أَنتَ بِنِعْمَةِ رَبِّكَ بِمَجْنُونٍ ﴿٢﴾
3. Mu vy'ukuri, nta nkeka urafise impembo idahera kubera ko wihanganira ishikirizabutumwa;	وَإِنَّ لَكَ لَأَجْرًا غَيْرَ مَمْنُونٍ ﴿٣﴾
4. Kandi nta nkeka ko wewe uri ku ngeso nziza cane zishimangirwa na Qor'ani.	وَإِنَّكَ لَعَلَىٰ خُلُقٍ عَظِيمٍ ﴿٤﴾
5. Mu gihe kitari kirekire rero uzobona, kandi abagarariji na bo nyene bazobona;	فَسَتُبْصِرُ وَيُبْصِرُونَ ﴿٥﴾
6. Umusazi muri mwebwe uwo ari we.	بِأَييِّكُمُ ٱلْمَفْتُونُ ﴿٦﴾
7. Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni Yo Izi neza na neza uwahuvye inzira yayo y'ukuri. Ni na Yo Izi neza na neza abagororotsi.	إِنَّ رَبَّكَ هُوَ أَعْلَمُ بِمَن ضَلَّ عَن سَبِيلِهِۦ وَهُوَ أَعْلَمُ بِٱلْمُهْتَدِينَ ﴿٧﴾
8. Ntumwa y'Imana! Ntukagamburukire rero na gato abahakanyi, kuko bari mu muzimagiza.	فَلَا تُطِعِ ٱلْمُكَذِّبِينَ ﴿٨﴾
9. Baripfuje cane ko woborohera, maze na bo bagaheza bakakworohera.	وَدُّواْ لَوْ تُدْهِنُ فَيُدْهِنُونَ ﴿٩﴾
10. Ntumwa y'Imana! Ntukumvire uwo wese akunda kurahira kenshi, asuzuguritse;	وَلَا تُطِعْ كُلَّ حَلَّافٍ مَّهِينٍ ﴿١٠﴾
11. Akunda kwandagaza abantu, gateranya;	هَمَّازٍ مَّشَّآءٍۭ بِنَمِيمٍ ﴿١١﴾
12. Ingumyi idatanga ku bw'Imana Allah, ikanabuza abandi gukora iciza, yigenza ku bantu ikanarenga ku mabwirizwa, yuzuye ivyaha;	مَّنَّاعٍ لِّلْخَيْرِ مُعْتَدٍ أَثِيمٍ ﴿١٢﴾
13. Inshirwarimenetse mu buhakanyi, Turetse n'ivyo vyose, ni n'umuzanano;	عُتُلٍّۭ بَعْدَ ذَٰلِكَ زَنِيمٍ ﴿١٣﴾
14. Mbe none yoba akora ivyo, yitwaza ko afise amatungo n'abana benshi!	أَن كَانَ ذَا مَالٍ وَبَنِينَ ﴿١٤﴾
15. Bigatuma iyo asomewe Aayah zacu za Qor'ani, azihakana yivuye inyuma, agashoka avuga ati: "Qor'ani, ni imigani n'ibitito vy'ab'aho hambere[2].	إِذَا تُتْلَىٰ عَلَيْهِ ءَايَٰتُنَا قَالَ أَسَٰطِيرُ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿١٥﴾
16. Tuzomushirako inkovu ku zuru ryiwe, maze yame imutera isoni mu maso y'abantu.	سَنَسِمُهُۥ عَلَى ٱلْخُرْطُومِ ﴿١٦﴾

[1] Raba insiguro y'indome zitangura mu ntango y'igisomwa Al-Baqara.
[1] Izi Aayah rero, n'aho zahishuwe zinebagura bamwe mu babangikanyamana; nka Waliid mwene Al-Mughiira, zirihaniza umwislamu uwo ari we wese ko yogira inyifato zigayitse nk'izo.

17. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarageregeje ababangikanyamana b'i Makka mu kubatera amapfa; nk'uko Twagerageje benumurima, igihe barahira bakarengwa ko bategerezwa gusoroma umurima wabo mu gaturuturu, kugira ntihagire umworo n'umwe agira ico aronkako;	إِنَّا بَلَوْنَٰهُمْ كَمَا بَلَوْنَآ أَصْحَٰبَ ٱلْجَنَّةِ إِذْ أَقْسَمُوا۟ لَيَصْرِمُنَّهَا مُصْبِحِينَ ﴿١٧﴾
18. Maze ntibashaka kubikesha Imana Allah mu kuvuga bati: "In shaa Allah" (Imana Allah niyabishaka).	وَلَا يَسْتَثْنُونَ ﴿١٨﴾
19. Ntivyatevye rero, ibihano vy'Imana yawe Rurema Allah, bishikira nya murima bakiryamye;	فَطَافَ عَلَيْهَا طَآئِفٌ مِّن رَّبِّكَ وَهُمْ نَآئِمُونَ ﴿١٩﴾
20. Maze urasha uratokombera, usigara wirabura tsiritsiri nk'umwijima w'ijoro.	فَأَصْبَحَتْ كَٱلصَّرِيمِ ﴿٢٠﴾
21. Bumaze guca, baciye bahamagarana;	فَتَنَادَوْا۟ مُصْبِحِينَ ﴿٢١﴾
22. Bati: "Nimuzinduke mu gaturuturu muje mu murima wanyu nimwaba mushaka gusarura".	أَنِ ٱغْدُوا۟ عَلَىٰ حَرْثِكُمْ إِن كُنتُمْ صَٰرِمِينَ ﴿٢٢﴾
23. Baca baragenda bongorerana;	فَٱنطَلَقُوا۟ وَهُمْ يَتَخَٰفَتُونَ ﴿٢٣﴾
24. Bati: "Uno musi, ntihagire umworo n'umwe abinjirana mu murima".	أَن لَّا يَدْخُلَنَّهَا ٱلْيَوْمَ عَلَيْكُم مِّسْكِينٌ ﴿٢٤﴾
25. Ni uko rero, bahengera mu gaturuturu baragenda, bazi neza ko basarura ata mworo n'umwe bahayeko.	وَغَدَوْا۟ عَلَىٰ حَرْدٍ قَٰدِرِينَ ﴿٢٥﴾
26. Bamaze kubona nya murima wahiye, baciye bavuga n'agahinda n'akantu bati: "Nta nkeka ko twazimiye inzira";	فَلَمَّا رَأَوْهَا قَالُوٓا۟ إِنَّا لَضَآلُّونَ ﴿٢٦﴾
27. Bamaze kumenya neza na neza ko ari wa murima wabo wahiye, barisubiyeko bati: "Ahubwo nyabuna twebwe, twavyatswe kubera umuzirikanyi wacu mubi";	بَلْ نَحْنُ مَحْرُومُونَ ﴿٢٧﴾
28. Umugororotsi muri bo, aca avuga ati: "Mbega yemwe! Sinari nababwiye ko mwobikesha Imana Allah, mukayininahaza mu kuvuga muti: "In shaa Allah" (Imana Allah niyabishaka)!	قَالَ أَوْسَطُهُمْ أَلَمْ أَقُل لَّكُمْ لَوْلَا تُسَبِّحُونَ ﴿٢٨﴾
29. Bamaze kwikebuka baciye bishura bati: "Ininahazwa, ni iry'Imana yacu Rurema Allah. Mu vy'ukuri, twari twirenganije mu kutabikesha Imana Allah, no mu kuzirikana kudaha aboro imperezwa".	قَالُوا۟ سُبْحَٰنَ رَبِّنَآ إِنَّا كُنَّا ظَٰلِمِينَ ﴿٢٩﴾
30. Ni ho rero baca batangura gutanako umwikomo;	فَأَقْبَلَ بَعْضُهُمْ عَلَىٰ بَعْضٍ يَتَلَٰوَمُونَ ﴿٣٠﴾
31. Bavuga bati: "Turahonye yemwe! Mu vy'ukuri, twari twarenze kw'ibwirizwa ry'Imana Allah mu kudaha aboro imperezwa;	قَالُوا۟ يَٰوَيْلَنَآ إِنَّا كُنَّا طَٰغِينَ ﴿٣١﴾

32. Kumbure Imana yacu Rurema Allah, Izodushumbusha Iduhe ibisumba umurima kuko twamaze kwigaya. Mu vy'ukuri, turitonesheje ku Mana yacu Rurema Allah".

عَسَىٰ رَبُّنَآ أَن يُبۡدِلَنَا خَيۡرٗا مِّنۡهَآ إِنَّآ إِلَىٰ رَبِّنَا رَٰغِبُونَ ٣٢

33. Ni nk'uko nyene rero Twebwe Allah - Twahanye benumurima - Duhana abarenga ku mabwirizwa y'Imana Allah. Nta nkeka rero ko n'ibihano vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, bihambaye cane gusumba ivyo kw'isi. Iyo abantu babimenya rero, bokwihanye kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah.

كَذَٰلِكَ ٱلۡعَذَابُۖ وَلَعَذَابُ ٱلۡأٓخِرَةِ أَكۡبَرُۚ لَوۡ كَانُواْ يَعۡلَمُونَ ٣٣

34. Mu vy'ukuri, abatinya ibihano vy'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, barategekanirijwe ku Mana yabo Rurema Allah, Ubwami bw'ijuru bwuzuyemwo inema.

إِنَّ لِلۡمُتَّقِينَ عِندَ رَبِّهِمۡ جَنَّٰتِ ٱلنَّعِيمِ ٣٤

35. Mbega none, Twofata abislamu bicisha bugufi mu kwumvira Imana Allah nk'abahakanyi mu ndishi!

أَفَنَجۡعَلُ ٱلۡمُسۡلِمِينَ كَٱلۡمُجۡرِمِينَ ٣٥

36. Mbega bantu! Mwafashwe n'ibiki? Ko muca iza ngondagonde mu kubanganisha mu ndishi!

مَا لَكُمۡ كَيۡفَ تَحۡكُمُونَ ٣٦

37. Canke mwoba mufise igitabu mwamanuriwe, musomamwo ko umugamburukiramana yofatwa nk'ikigaba mu ndishi!

أَمۡ لَكُمۡ كِتَٰبٞ فِيهِ تَدۡرُسُونَ ٣٧

38. Mu vy'ukuri muri ico gihe, mwoba mufise ivyo mwihitiramwo muri nya gitabu bivuye ku vyipfuzo vyanyu.

إِنَّ لَكُمۡ فِيهِ لَمَا تَخَيَّرُونَ ٣٨

39. Canke mwoba mufitaniye amasezerano na Twebwe Allah, azokwamaho kugeza ku musi w'imperuka, ko muzoronka Ubwami bw'ijuru nk'uko mwipfuza!

أَمۡ لَكُمۡ أَيۡمَٰنٌ عَلَيۡنَا بَٰلِغَةٌ إِلَىٰ يَوۡمِ ٱلۡقِيَٰمَةِۙ إِنَّ لَكُمۡ لَمَا تَحۡكُمُونَ ٣٩

40. Ntumwa y'Imana! Baza ababangikanyamana uwoba muri bo yishinze ko azobashikana mu Bwami bw'ijuru nk'abicisha bugufi ku Mana Allah!";

سَلۡهُمۡ أَيُّهُم بِذَٰلِكَ زَعِيمٌ ٤٠

41. Canke boba bafise abafasha babangikanije n'Imana Allah, bazobashikana muri nya Bwami bw'ijuru! Enda nyabuna rero, nibabazane nibaba ari imvugakuri mu vyo bipfuza;

أَمۡ لَهُمۡ شُرَكَآءُ فَلۡيَأۡتُواْ بِشُرَكَآئِهِمۡ إِن كَانُواْ صَٰدِقِينَ ٤١

42. Ku musi hazoba hari intureka z'akataraboneka, maze Imana Allah Igaseruka gutunganiriza ibiremwa, Igaheza Ikagaragaza umurundi wayo mutagatifu[1] utagira na kimwe bisa mu biremwa, maze ibiremwa bigahamagarirwa kwubamira Uhoraho Allah, ibiremwa bitigeze vyubamira Imana Allah kw'isi, nta vyo bizoshobora ngo vyubame;

يَوۡمَ يُكۡشَفُ عَن سَاقٖ وَيُدۡعَوۡنَ إِلَى ٱلسُّجُودِ فَلَا يَسۡتَطِيعُونَ ٤٢

[1] Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze iti: "Imana yacu Rurema Allah Izogaragaza umurundi wayo, maze umwemeramana wese mu bagabo no mu bagore ace ayubamira, hasigare uwahora ayubamira kw'isi ku kwiyerekana no kuyagwa neza; agize ngo yubame, umugongo wiwe uzoca ucika igihimba kimwe kitagondeka". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

43. Amaso y'ibiremwa azoba araba hasi bidashoboye kuyunamura, vyugarijwe no guteterwa ku bihano vy'uwo musi. Mu vy'ukuri, vyahora bihamagarirwa kwubamira no kwiyegereza Imana Allah kw'isi mu gihe vyari bikomeye, bibishoboye, ariko ntivyigeze bigamburuka ngo biyubamire.

خَٰشِعَةً أَبۡصَٰرُهُمۡ تَرۡهَقُهُمۡ ذِلَّةٞۖ وَقَدۡ كَانُواْ يُدۡعَوۡنَ إِلَى ٱلسُّجُودِ وَهُمۡ سَٰلِمُونَ ٤٣

44. Ntumwa y'Imana! Ndekera abahakana iyi Qor'ani, Nzobihanira. Twebwe Allah, Tuzobashira mu bihano bukebuke mu kubaronsa amatungo n'ibibondo, mu buryo batazi ko ari kwo guhanwa;

فَذَرۡنِي وَمَن يُكَذِّبُ بِهَٰذَا ٱلۡحَدِيثِۖ سَنَسۡتَدۡرِجُهُم مِّنۡ حَيۡثُ لَا يَعۡلَمُونَ ٤٤

45. Nzoheza rero Jewe Allah, Ndabahe no kuramba ntihutira kubahana, kugira barendegere mu bicumuro. Mu vy'ukuri, ihinyura ryanje gushika aho ndabacakira, rirahambaye cane.

وَأُمۡلِي لَهُمۡۚ إِنَّ كَيۡدِي مَتِينٌ ٤٥

46. Ntumwa y'Imana! Canke woba usaba ababangikanyamana impembo y'ivy'isi kw'ishikirizabutumwa ryawe, ku buryo baremerwa n'iyo mpembo!

أَمۡ تَسۡـَٔلُهُمۡ أَجۡرٗا فَهُم مِّن مَّغۡرَمٖ مُّثۡقَلُونَ ٤٦

47. Canke boba bazi ibinyegejwe ibiremwa, bagaheza bakandika bakavyisunga mu gushinga ingingo yuko ari bo ntore gusumba abemeramana!

أَمۡ عِندَهُمُ ٱلۡغَيۡبُ فَهُمۡ يَكۡتُبُونَ ٤٧

48. Ntumwa y'Imana! Tenyenya rero gato, urindire ubutungane bw'Imana yawe Rurema Allah, kandi ntiwihute ngo ube nk'Intumwa Yunusu mwene Matta (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yatamiwe n'ifi amahanga, igihe yatwarwa n'agashavu, ikananirwa kwihangana, igaheza igatabaza n'ishavu n'agahinda Imana yayo Rurema Allah ko Yokwihutira guhana abagarariji;

فَٱصۡبِرۡ لِحُكۡمِ رَبِّكَ وَلَا تَكُن كَصَاحِبِ ٱلۡحُوتِ إِذۡ نَادَىٰ وَهُوَ مَكۡظُومٞ ٤٨

49. Iyo itagarukirwa n'impuhwe z'Imana yayo Rurema Allah, Ikayishoboza ukwigaya, nta nkeka ko yari gutabwa kw'isi y'ubugaragwa igahona, ifitiwe umwikomo n'Imana Allah;

لَّوۡلَآ أَن تَدَارَكَهُۥ نِعۡمَةٞ مِّن رَّبِّهِۦ لَنُبِذَ بِٱلۡعَرَآءِ وَهُوَ مَذۡمُومٞ ٤٩

50. Ni ho rero Imana yayo Rurema Allah Yayitora kandi Iyituma ku bantu bayo, Iyishira no mu beranda.

فَٱجۡتَبَٰهُ رَبُّهُۥ فَجَعَلَهُۥ مِنَ ٱلصَّٰلِحِينَ ٥٠

51. Ntumwa y'Imana! Abagararije, iyo bumvise uriko urasoma Qor'ani, barakuraba ijisho ribi rihakwa kugutura hasi ku kuntu bakwanka, maze kubera urwo rwanko bagufitiye, bagaca bavuga n'ishari n'akantu bati: "Vy'ukuri, ni umusazi".

وَإِن يَكَادُ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ لَيُزۡلِقُونَكَ بِأَبۡصَٰرِهِمۡ لَمَّا سَمِعُواْ ٱلذِّكۡرَ وَيَقُولُونَ إِنَّهُۥ لَمَجۡنُونٞ ٥١

52. Iyo Qor'ani si ikindi rero, kiretse ko ari urwibutso n'inyigisho ku biremwa vyose (Amajini n'abantu).

وَمَا هُوَ إِلَّا ذِكۡرٞ لِّلۡعَٰلَمِينَ ٥٢

69. Al-Haaqqah (Igitegerezwa kuba)
Aayah 52, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

ٱلْحَآقَّةُ ﴿١﴾

1. Igitegerezwa kuba.

مَا ٱلْحَآقَّةُ ﴿٢﴾

2. Ico, ni igiki gitegerezwa kuba?

وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا ٱلْحَآقَّةُ ﴿٣﴾

3. Ntumwa y'Imana! Ni igiki cokumenyesha ico gitegerezwa kuba, ukuntu giteye n'intureka zaco?

كَذَّبَتْ ثَمُودُ وَعَادٌۢ بِٱلْقَارِعَةِ ﴿٤﴾

4. Bene Thamuudi barungikiwe Intumwa Swalehe (nyakugira amahoro y'Imana Allah), na Bene Aadi barungikiwe Intumwa Huudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah), barahakanye bivuye inyuma umusi w'inkuramutima, ari wo muhero w'isi.

فَأَمَّا ثَمُودُ فَأُهْلِكُوا۟ بِٱلطَّاغِيَةِ ﴿٥﴾

5. Ni uko rero, Bene Thamuudi bahonejwe n'ijwi rimena amatwi.

وَأَمَّا عَادٌ فَأُهْلِكُوا۟ بِرِيحٍ صَرْصَرٍ عَاتِيَةٍ ﴿٦﴾

6. Nayo Bene Aadi, bahonejwe n'igihuhusi c'igikonyozi kirandurana n'imizi ico ari co cose bihuye;

سَخَّرَهَا عَلَيْهِمْ سَبْعَ لَيَالٍ وَثَمَٰنِيَةَ أَيَّامٍ حُسُومًا ۖ فَتَرَى ٱلْقَوْمَ فِيهَا صَرْعَىٰ كَأَنَّهُمْ أَعْجَازُ نَخْلٍ خَاوِيَةٍ ﴿٧﴾

7. Imana Allah, Yakibarungikiye amajoro indwi n'imirango umunani ikurikirana ata gahengwe, maze kirabahonya. Waraheza ukabona abantu bitega imyereka bagwa hasi nk'ibishitsi vy'itende vyariwe n'umuswa, bitagira intimatima;

فَهَلْ تَرَىٰ لَهُم مِّنۢ بَاقِيَةٍ ﴿٨﴾

8. Mbega woba ukibona n'umwe muri bo yarokotse, akarusimba! Barahonye bose.

وَجَآءَ فِرْعَوْنُ وَمَن قَبْلَهُۥ وَٱلْمُؤْتَفِكَٰتُ بِٱلْخَاطِئَةِ ﴿٩﴾

9. Mu nyuma, haje Firawuni n'ubugaba bwiwe, haza n'abahakanyi bo hambere yiwe, hamwe n'abantu bo mu bisagara vyimonogoje mu bugaba, barungikiwe Intumwa Luutwi (nyakugira amahoro y'Imana Allah);

فَعَصَوْا۟ رَسُولَ رَبِّهِمْ فَأَخَذَهُمْ أَخْذَةً رَّابِيَةً ﴿١٠﴾

10. Umugwi wose muri bo, warahakanye wivuye inyuma Intumwa warungikiwe n'Imana yawo Rurema Allah, maze Iraheza Irawushikura mu kuwuhana bimwe bikomeye.

إِنَّا لَمَّا طَغَا ٱلْمَآءُ حَمَلْنَٰكُمْ فِى ٱلْجَارِيَةِ ﴿١١﴾

11. Mu vy'ukuri, igihe isegenya ryahitana vyose rero, Twebwe Allah Twararokoye mu guheka mu bwato bureremba, abo mwakomotseko hamwe n'Intumwa Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah);

لِنَجْعَلَهَا لَكُمْ تَذْكِرَةً وَتَعِيَهَآ أُذُنٌ وَٰعِيَةٌ ﴿١٢﴾

12. Ivyo Twabigize kugira ngo bibabere urwibutso, maze ugutwi kwumva na kwo kwumvireho.

فَإِذَا نُفِخَ فِى ٱلصُّورِ نَفْخَةٌ وَٰحِدَةٌ ﴿١٣﴾

13. Igihe rero havugijwe n'umumalayika Israafiili inzamba ya mbere yo guhonya ibiremwa vyose;

14. Maze isi hamwe n’imisozi bigakurwaho, bigahondwa rimwe gusa;

وَحُمِلَتِ ٱلْأَرْضُ وَٱلْجِبَالُ فَدُكَّتَا دَكَّةً وَٰحِدَةً ﴿١٤﴾

15. Uwo rero, ni wo musi w’imperuka w'igitegerezwa kuba, uzoba washitse;

فَيَوْمَئِذٍ وَقَعَتِ ٱلْوَاقِعَةُ ﴿١٥﴾

16. Aho ijuru rizosatagurika. Kuri uwo musi, ijuru rizoba ridakomeye namba;

وَٱنشَقَّتِ ٱلسَّمَآءُ فَهِىَ يَوْمَئِذٍ وَاهِيَةٌ ﴿١٦﴾

17. Abamalayika na bo bazoba bari ku mfuruka zaryo. Abamalayika umunani b’ibihangange bazoba bareruye hejuru yabo Ubuhangamo bw’Imana yawe Rurema Allah;

وَٱلْمَلَكُ عَلَىٰٓ أَرْجَآئِهَا ۚ وَيَحْمِلُ عَرْشَ رَبِّكَ فَوْقَهُمْ يَوْمَئِذٍ ثَمَٰنِيَةٌ ﴿١٧﴾

18. Bantu! Kuri uwo musi, muzoshengezwa mwese mucirirwe imanza, muheze muhemberwe ivyo mwakoze, kandi nta banga ryanyu rizonyegezwa.

يَوْمَئِذٍ تُعْرَضُونَ لَا تَخْفَىٰ مِنكُمْ خَافِيَةٌ ﴿١٨﴾

19. Uwuzohabwa rero igitabu c’ibikorwa vyiwe mu kuboko kwiwe kw’iburyo, azoca avuga ahimbawe cane ati: “Ehe bantu! Akire, nimwisomere iki gitabu canje;

فَأَمَّا مَنْ أُوتِىَ كِتَٰبَهُۥ بِيَمِينِهِۦ فَيَقُولُ هَآؤُمُ ٱقْرَءُوا۟ كِتَٰبِيَهْ ﴿١٩﴾

20. Mu vy’ukuri, nari nzi yuko nzoronka impembo yanje, ndaheza ndayikorera”;

إِنِّى ظَنَنتُ أَنِّى مُلَٰقٍ حِسَابِيَهْ ﴿٢٠﴾

21. Uyo rero, azobaho ubuzima bw’akanyamuneza nta ngere;

فَهُوَ فِى عِيشَةٍ رَّاضِيَةٍ ﴿٢١﴾

22. Bazoba bari mu Bwami bw’ijuru bw’iteka;

فِى جَنَّةٍ عَالِيَةٍ ﴿٢٢﴾

23. Ivyamwa vyo muri Bwo vyamira hafi cane, bikamurwa vyoroshe;

قُطُوفُهَا دَانِيَةٌ ﴿٢٣﴾

24. Bazobwirwa bati: “Nimufungure, mwongere munywe n’akayabagu kenshi ku vyo mwakoze kw’isi”.

كُلُوا۟ وَٱشْرَبُوا۟ هَنِيٓـًٔۢا بِمَآ أَسْلَفْتُمْ فِى ٱلْأَيَّامِ ٱلْخَالِيَةِ ﴿٢٤﴾

25. Nayo uwuzohabwa igitabu ciwe mu kuboko kwiwe kw’ibubamfu, azovuga yihebuye ati: “Amagorwa arama yemwe! Iyo ntahabwa iki gitabu canje;

وَأَمَّا مَنْ أُوتِىَ كِتَٰبَهُۥ بِشِمَالِهِۦ فَيَقُولُ يَٰلَيْتَنِى لَمْ أُوتَ كِتَٰبِيَهْ ﴿٢٥﴾

26. Ngatako simenye impembo yanje;

وَلَمْ أَدْرِ مَا حِسَابِيَهْ ﴿٢٦﴾

27. Yoo! Iyo urupfu napfuye kw’isi rumarira vyose sinzuke;

يَٰلَيْتَهَا كَانَتِ ٱلْقَاضِيَةَ ﴿٢٧﴾

28. Ehe yemwe! Amatungo yanje yose nta co yamariye;

مَآ أَغْنَىٰ عَنِّى مَالِيَهْ ﴿٢٨﴾

29. Eka n’ivyireguzo vyanje vyose vyampereyeko”.

هَلَكَ عَنِّى سُلْطَٰنِيَهْ ﴿٢٩﴾

30. Abamalayika bacungereye umuriro, bazoca babwirwa bati: “Nimufate uyo munyavyaha mukomanye amaboko n’izosi, muce mumudadira n'amapingu;

خُذُوهُ فَغُلُّوهُ ﴿٣٠﴾

31. Hanyuma mumujugunyire mu muriro ururumba;

ثُمَّ ٱلْجَحِيمَ صَلُّوهُ ﴿٣١﴾

32. Muheze mumuboheshe umunyororo muremure cane”;

ثُمَّ فِى سِلْسِلَةٍ ذَرْعُهَا سَبْعُونَ ذِرَاعًا فَٱسْلُكُوهُ ﴿٣٢﴾

33. Mu vy’ukuri, ntiyigeze yemera Imana Imwe Rudende Allah, Nyenicubahirogisumbavyose.

إِنَّهُۥ كَانَ لَا يُؤْمِنُ بِٱللَّهِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٣٣﴾

34. Kandi ntiyitaho guhimiriza gufungurira abakenye mu bakene n'aboro, n'abandi.	وَلَا يَحُضُّ عَلَىٰ طَعَامِ ٱلْمِسْكِينِ ﴿٣٤﴾
35. Uno musi rero, nta mukunzi nkoramutima afise ngo amukingire ibihano;	فَلَيْسَ لَهُ ٱلْيَوْمَ هَٰهُنَا حَمِيمٌ ﴿٣٥﴾
36. Nta n'ibifungurwa ahabwa, atari amashira n'ibindi bitemba biva mu nyenga y'umuriro;	وَلَا طَعَامٌ إِلَّا مِنْ غِسْلِينٍ ﴿٣٦﴾
37. Nta muntu anabifungura, atari abanyavyaha b'abahakanyi ruhebwa.	لَّا يَأْكُلُهُۥٓ إِلَّا ٱلْخَٰطِـُٔونَ ﴿٣٧﴾
38. Jewe Allah, Ndarahiye ku bintu mubona n'amaso!	فَلَآ أُقْسِمُ بِمَا تُبْصِرُونَ ﴿٣٨﴾
39. No ku vyo mutabona mu binyegejwe ibiremwa!	وَمَا لَا تُبْصِرُونَ ﴿٣٩﴾
40. Ko mu vy'ukuri iyo Qor'ani, ari amajambo y'Imana Allah asomwa n'Intumwa yubashwe.	إِنَّهُۥ لَقَوْلُ رَسُولٍ كَرِيمٍ ﴿٤٠﴾
41. Kanatsinda, si n'amajambo y'umwivuzi w'amazina nk'uko mwibwira. Burya mwemera gake!	وَمَا هُوَ بِقَوْلِ شَاعِرٍ ۚ قَلِيلًا مَّا تُؤْمِنُونَ ﴿٤١﴾
42. Kandi si n'amajambo y'umurozi atongera. Burya mwibuka gake, ngo mushobore kubitandukanya!	وَلَا بِقَوْلِ كَاهِنٍ ۚ قَلِيلًا مَّا تَذَكَّرُونَ ﴿٤٢﴾
43. Ahubwo iyo Qor'ani, ni amajambo y'Imana Allah yamanuwe n'Umubungabunzi w'ibiremwa vyose ku Ntumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).	تَنزِيلٌ مِّن رَّبِّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٤٣﴾
44. Iyo rero Muhamadi ahirahira ngo arementanye bimwe mu vyo avuga, Tutigeze Tubimuhishurira;	وَلَوْ تَقَوَّلَ عَلَيْنَا بَعْضَ ٱلْأَقَاوِيلِ ﴿٤٤﴾
45. Nta nkeka ko Twari kumuhana, Tukanamuca n'ukuboko kw'iburyo;	لَأَخَذْنَا مِنْهُ بِٱلْيَمِينِ ﴿٤٥﴾
46. Twari no kumuca umutsi mukuru w'umurindi w'amaraso, agapfa;	ثُمَّ لَقَطَعْنَا مِنْهُ ٱلْوَتِينَ ﴿٤٦﴾
47. Kandi nta n'umwe muri mwebwe yoshoboye kumukingira.	فَمَا مِنكُم مِّنْ أَحَدٍ عَنْهُ حَٰجِزِينَ ﴿٤٧﴾
48. Mu vy'ukuri iyi Qor'ani ntagatifu, ni n'urwibutso rwibutsa canecane abagamburukiramana bubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah.	وَإِنَّهُۥ لَتَذْكِرَةٌ لِّلْمُتَّقِينَ ﴿٤٨﴾
49. Bantu! Mu vy'ukuri, Turazi ko muri mwebwe harimwo abahakana iyi Qor'ani, ntibayemere.	وَإِنَّا لَنَعْلَمُ أَنَّ مِنكُم مُّكَذِّبِينَ ﴿٤٩﴾
50. Kandi kutayemera, bizotera abagarariji agahombo n'umubabaro.	وَإِنَّهُۥ لَحَسْرَةٌ عَلَى ٱلْكَٰفِرِينَ ﴿٥٠﴾
51. Mu vy'ukuri iyi Qor'ani, ni kwo kuri nyakwo kudahinyuzwa.	وَإِنَّهُۥ لَحَقُّ ٱلْيَقِينِ ﴿٥١﴾
52. Ntumwa y'Imana! Kubera ivyo rero, shishikara uninahaza Imana yawe Rurema Allah, Nyenicubahirogisumbavyose.	فَسَبِّحْ بِٱسْمِ رَبِّكَ ٱلْعَظِيمِ ﴿٥٢﴾

70. Al-Ma'aarij (Ukuduga)
Aayah 44, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Yarasavye umusavyi[1] igihano gitegerezwa gushika;	سَأَلَ سَآئِلٌۢ بِعَذَابٍ وَاقِعٍ ﴿١﴾
2. Kizoshikira abagarariji ku musi w'izuka, nta n'umwe ashoboye kugihagarika;	لِّلْكَٰفِرِينَ لَيْسَ لَهُۥ دَافِعٌ ﴿٢﴾
3. Kiva ku Mana Allah, Nyeninzira zicamwo gusa abamalayika mu kirere;	مِّنَ ٱللَّهِ ذِى ٱلْمَعَارِجِ ﴿٣﴾
4. Abamalayika hamwe na Mutimamweranda Jibrili, bazoduga muri izo nzira baja ku Mana Allah, ku musi w'izuka, ku ntureka zawo uzoba ungana n'imyaka yo kw'isi ibihumbi mirongo itanu[2].	تَعْرُجُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ وَٱلرُّوحُ إِلَيْهِ فِى يَوْمٍ كَانَ مِقْدَارُهُۥ خَمْسِينَ أَلْفَ سَنَةٍ ﴿٤﴾
5. Ntumwa y'Imana! Ihanganire ata kwidogera itebura ry'abagarariji mu kwihutira gusaba ko bohanwa.	فَٱصْبِرْ صَبْرًا جَمِيلًا ﴿٥﴾
6. Mu vy'ukuri, abagarariji babona ko ibihano vyo kuri uwo musi biri kure cane, bitazonabashikira;	إِنَّهُمْ يَرَوْنَهُۥ بَعِيدًا ﴿٦﴾
7. Na Twe Allah, Tukabibona ko nyabuna biri hafi cane, kandi bitegerezwa gushika.	وَنَرَىٰهُ قَرِيبًا ﴿٧﴾
8. Umusi ijuru ryabaye nk'ubutare bw'umujumpu bwayongejwe;	يَوْمَ تَكُونُ ٱلسَّمَآءُ كَٱلْمُهْلِ ﴿٨﴾
9. Imisozi nayo ikaba nk'ubwoya bwashwiragijwe n'umuyaga mu kirere;	وَتَكُونُ ٱلْجِبَالُ كَٱلْعِهْنِ ﴿٩﴾
10. Umugenzi, ntazobaza mugenziwe uko amerewe.	وَلَا يَسْـَٔلُ حَمِيمٌ حَمِيمًا ﴿١٠﴾
11. Abakunzi bazobonana banamenyane, maze umunyavyaha yipfuze ko yotuma yigomboza mu bihano vy'uwo musi, abana biwe;	يُبَصَّرُونَهُمْ ۚ يَوَدُّ ٱلْمُجْرِمُ لَوْ يَفْتَدِى مِنْ عَذَابِ يَوْمِئِذٍۭ بِبَنِيهِ ﴿١١﴾
12. N'umukenyezi wiwe, hamwe na mwenewabo;	وَصَٰحِبَتِهِۦ وَأَخِيهِ ﴿١٢﴾
13. N'abo akomokako, bahora bamurwanako kw'isi;	وَفَصِيلَتِهِ ٱلَّتِى تُـْٔوِيهِ ﴿١٣﴾
14. Hamwe rero n'ibiremwa vyose vyo kw'isi; yiyumvira ko ivyo vyose vyomurokora mu bihano.	وَمَن فِى ٱلْأَرْضِ جَمِيعًا ثُمَّ يُنجِيهِ ﴿١٤﴾
15. Nateshwe ate, arahumba! Si nk'uko avyipfuza, ntibazomurokora namba. Mu vy'ukuri uburuhukiro bwiwe, ni mu muriro wa Jahannamu ururumba n'inguvu nyinshi;	كَلَّآ ۖ إِنَّهَا لَظَىٰ ﴿١٥﴾
16. Ushishura urukoba rw'umutwe n'urw'ibindi bihimba vy'umubiri;	نَزَّاعَةً لِّلشَّوَىٰ ﴿١٦﴾
17. Uhamagara uwo wese yirengagiza ukuri akiri kw'isi, akanagenza umugongo mu kutumvira Imana Allah n'Intumwa yayo;	تَدْعُوا۟ مَنْ أَدْبَرَ وَتَوَلَّىٰ ﴿١٧﴾

[1] Yitwa An-Nadhru mwene Al-Haarith.

[2] Uwo, ni wo musi w'iharurirwa ry'ibiremwa no kubicira urutunganye. Ku mwemeramana, azowubona ari akanya gato, kangana n'umwanya isengesho rimwe rimara.

18. Yishinga kwegeranya no kuziganya amatungo yiwe; atayatangako ishikanwa-bwirizwa, n'izindi mperezwa. وَجَمَعَ فَأَوۡعَىٰٓ ١٨

19. Mu vy'ukuri, kiremwa-muntu yaremanwe igihababu; ۞إِنَّ ٱلۡإِنسَٰنَ خُلِقَ هَلُوعًا ١٩

20. Iyo akozweko n'ikiza c'ubukene canke indwara n'ibindi, ntiyihangana; إِذَا مَسَّهُ ٱلشَّرُّ جَزُوعًا ٢٠

21. N'iyo yorohewe mu buzima, aba ingumyi; وَإِذَا مَسَّهُ ٱلۡخَيۡرُ مَنُوعًا ٢١

22. Havuyemwo gusa abasenga; إِلَّا ٱلۡمُصَلِّينَ ٢٢

23. Batsimbataza amasengesho yabo ku mwanya wayo bakamizako; ٱلَّذِينَ هُمۡ عَلَىٰ صَلَاتِهِمۡ دَآئِمُونَ ٢٣

24. N'abafise umugabane uzwi mu matungo yabo, bagaheza bakawutangako ishikanwa-bwirizwa; وَٱلَّذِينَ فِيٓ أَمۡوَٰلِهِمۡ حَقّٞ مَّعۡلُومٞ ٢٤

25. Bagahereza umukene yubahuka agasega n'uwipfa agasoni, ntasabirize. لِّلسَّآئِلِ وَٱلۡمَحۡرُومِ ٢٥

26. Havuyemwo n'abemera umusi w'impera, bakawitegurira mu gukora ivyiza bitegetswe; وَٱلَّذِينَ يُصَدِّقُونَ بِيَوۡمِ ٱلدِّينِ ٢٦

27. N'abatinya ibihano bivuye ku Mana yabo Rurema Allah, maze bakavyiyubara; وَٱلَّذِينَ هُم مِّنۡ عَذَابِ رَبِّهِم مُّشۡفِقُونَ ٢٧

28. Mu vy'ukuri ibihano vy'Imana yabo Rurema Allah, nta wokwijajara akiha amahoro mu kwiyemeza ko azobikira; إِنَّ عَذَابَ رَبِّهِمۡ غَيۡرُ مَأۡمُونٖ ٢٨

29. N'abacungera ubwambure bwabo, ntibasambane; وَٱلَّذِينَ هُمۡ لِفُرُوجِهِمۡ حَٰفِظُونَ ٢٩

30. Kiretse gusa ku bakenyezi babo, canke abari mu minwe yabo mu ncoreke. Kuri abo rero, nta mwikomo bazogirirwa, nta kabi kabo. إِلَّا عَلَىٰٓ أَزۡوَٰجِهِمۡ أَوۡ مَا مَلَكَتۡ أَيۡمَٰنُهُمۡ فَإِنَّهُمۡ غَيۡرُ مَلُومِينَ ٣٠

31. Mugabo abazorengera ku bitari ivyo, bazoba barenze imbibe z'ibirekuwe, bavogereye imbibe z'ibibujijwe; فَمَنِ ٱبۡتَغَىٰ وَرَآءَ ذَٰلِكَ فَأُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلۡعَادُونَ ٣١

32. N'abacungera imbitso baragijwe n'Imana Allah n'izo babikijwe n'abantu, bagashitsa n'amasezerano biyemeje; وَٱلَّذِينَ هُمۡ لِأَمَٰنَٰتِهِمۡ وَعَهۡدِهِمۡ رَٰعُونَ ٣٢

33. N'ababa ivyabona vy'ukuri mu kutanyegeza canke guhindura ukuri bazi; وَٱلَّذِينَ هُم بِشَهَٰدَٰتِهِمۡ قَآئِمُونَ ٣٣

34. N'abasenga amasengesho yabo bakayatunganya nk'uko bisabwa. وَٱلَّذِينَ هُمۡ عَلَىٰ صَلَاتِهِمۡ يُحَافِظُونَ ٣٤

35. Abo barangwa n'izo ngeso nziza rero, bazoterwa iteka mu Bwami bw'ijuru bwuzuye inema. أُوْلَٰٓئِكَ فِي جَنَّٰتٖ مُّكۡرَمُونَ ٣٥

36. Mbega, ni igiki gituma abagararije Imana Allah bahurumbira kuza bagukanuriye amaso! فَمَالِ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ قِبَلَكَ مُهۡطِعِينَ ٣٦

37. Bagukikije iburyo n'ibubamfu bwawe, bari mu migwimigwi, batangazwa n'ubutumwa ubashikiriza! عَنِ ٱلۡيَمِينِ وَعَنِ ٱلشِّمَالِ عِزِينَ ٣٧

38. Mbega umwe wese muri bo, yipfuza kwinjizwa mu Bwami bw'ijuru bwuzuye inema; nk'abislamu bicisha bugufi! أَيَطۡمَعُ كُلُّ ٱمۡرِيٕٖ مِّنۡهُمۡ أَن يُدۡخَلَ جَنَّةَ نَعِيمٖ ٣٨

كَلَّآۖ إِنَّا خَلَقۡنَٰهُم مِّمَّا يَعۡلَمُونَ ٣٩

39. Nibateshwe bate, barahumba! Si nk'uko bavyipfuza, ntibazopfa babwinjiye. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twabaremye mu mazi y'intanga bazi.

فَلَآ أُقۡسِمُ بِرَبِّ ٱلۡمَشَٰرِقِ وَٱلۡمَغَٰرِبِ إِنَّا لَقَٰدِرُونَ ٤٠

40. Jewe Allah, Ndarahiye kw'izina ryanje, Jewe Imana Muremyi Yaremye ubuseruko n'uburengero vy'izuba, vy'ukwezi n'ivy'izindi nyenyeri[1], ko Twebwe Allah Dushoboye vyose!

عَلَىٰٓ أَن نُّبَدِّلَ خَيۡرٗا مِّنۡهُمۡ وَمَا نَحۡنُ بِمَسۡبُوقِينَ ٤١

41. Turashoboye kubahindura mu kubasubiriza hakaza ibindi biremwa nkabo, vyubaha Imana Allah kubarusha, kandi ntitwonanirwa n'ivyo!

فَذَرۡهُمۡ يَخُوضُواْ وَيَلۡعَبُواْ حَتَّىٰ يُلَٰقُواْ يَوۡمَهُمُ ٱلَّذِي يُوعَدُونَ ٤٢

42. Kubera ivyo rero, bareke gutyo babandanye guhakana no gufyinata, kugeza aho bazokwibonera ubwabo uwo musi wabo w'izuka basezeraniwe ko bazohanwa;

يَوۡمَ يَخۡرُجُونَ مِنَ ٱلۡأَجۡدَاثِ سِرَاعٗا كَأَنَّهُمۡ إِلَىٰ نُصُبٖ يُوفِضُونَ ٤٣

43. Umusi bazutse bava mu kuzimu banyaragasa, nk'aho boba basiganwa gushika ku bigirwamana bahora basenga kw'isi, bishinze imbere yabo;

خَٰشِعَةً أَبۡصَٰرُهُمۡ تَرۡهَقُهُمۡ ذِلَّةٞۚ ذَٰلِكَ ٱلۡيَوۡمُ ٱلَّذِي كَانُواْ يُوعَدُونَ ٤٤

44. Amaso yabo, azoba araba hasi ku guteterwa, bagayitse. Uwo rero, ni wa musi bari barasezeraniwe bakiri kw'isi ko uzobashikira, bakawuhakana.

71. Nuuh (Intumwa Nuhu)
Aayah 28, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِنَّآ أَرۡسَلۡنَا نُوحًا إِلَىٰ قَوۡمِهِۦٓ أَنۡ أَنذِرۡ قَوۡمَكَ مِن قَبۡلِ أَن يَأۡتِيَهُمۡ عَذَابٌ أَلِيمٞ ١

1. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarungitse Intumwa Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ku bantu bayo, Tuyibwira Duti: "Gabisha abantu bawe imbere yuko bashikirwa n'ibihano bibabaza cane".

قَالَ يَٰقَوۡمِ إِنِّي لَكُمۡ نَذِيرٞ مُّبِينٌ ٢

2. Intumwa y'Imana Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), iraheza ibabwira iti: "Bantu banje narungitsweko! Mu vy'ukuri jewe, ndi Umugabisha nyawe, nkaba ndi n'Intumwa kuri mwebwe.

أَنِ ٱعۡبُدُواْ ٱللَّهَ وَٱتَّقُوهُ وَأَطِيعُونِ ٣

3. Ico ndabararikiye si ikindi, ni uko mwokwiyegereza Imana Allah mu vyo mukora vyose mukanayisenga ari Imwe Rudende mutayibangikanya, mugaheza mugatinya ibihano vyayo, maze mukanyumvira mu kwubahiriza amabwirizwa ndabashikiriza;

يَغۡفِرۡ لَكُم مِّن ذُنُوبِكُمۡ وَيُؤَخِّرۡكُمۡ إِلَىٰٓ أَجَلٖ مُّسَمًّىۚ إِنَّ أَجَلَ ٱللَّهِ إِذَا جَآءَ لَا يُؤَخَّرُۘ لَوۡ كُنتُمۡ تَعۡلَمُونَ ٤

4. Imana Allah, Izoheza Ibagumirize akabanga ku vyaha vyanyu ntibibahanire, Yongere Ibongerereze imyaka y'ukubaho gushika kw'isango ntarengwa ry'umwe wese muri mwebwe ryo gupfa. Mu vy'ukuri isango ntarengwa ryo gupfa, ryagenwe n'Imana Allah, rigeze ntirisubizwa

[1]Imana Allah Yarahiye kuri ivyo vyose, kuko harimwo ivyemezo vyerekana ubushobozi n'ububasha vy'uko Ishoboye kuzura ibiremwa.

inyuma. Iyo muba mubizi rero, mwokwihutiye ukwemera Imana Allah".

5. Intumwa y'Imana Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), yavuze iti: "Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri aba bantu banje, narabahamagariye ku kwemera ijoro n'umurango;

قَالَ رَبِّ إِنِّي دَعَوْتُ قَوْمِي لَيْلًا وَنَهَارًا ۝٥

6. Ariko ihamagara ryanje ryo kukwemera, nta co ryabunguye atari ukumpunga n'ukunyirengagiza;

فَلَمْ يَزِدْهُمْ دُعَآءِيٓ إِلَّا فِرَارًا ۝٦

7. Mu vy'ukuri, igihe cose ndabahamagariye ku kwemera kugira ngo Ubababarire ivyaha vyabo, baca bazibiza intoke amatwi yabo kugira ntibanyumve, bakipfuka n'impuzu zabo kugira ntibambone, gutyo bagatsimbatara ku buhakanyi, bakanirengagiza ukwemera ku manyama.

وَإِنِّي كُلَّمَا دَعَوْتُهُمْ لِتَغْفِرَ لَهُمْ جَعَلُوٓاْ أَصَٰبِعَهُمْ فِيٓ ءَاذَانِهِمْ وَٱسْتَغْشَوْاْ ثِيَابَهُمْ وَأَصَرُّواْ وَٱسْتَكْبَرُواْ ٱسْتِكْبَارًا ۝٧

8. Hanyuma narabahamagariye ku kwemera izuba riva ku mugaragaro;

ثُمَّ إِنِّي دَعَوْتُهُمْ جِهَارًا ۝٨

9. Hanyuma ndasemerera, ikindi gihe ndabongorera mw'ibanga;

ثُمَّ إِنِّيٓ أَعْلَنتُ لَهُمْ وَأَسْرَرْتُ لَهُمْ إِسْرَارًا ۝٩

10. Ndaheza ndababwira nti: "Nimusabe Imana yanyu Rurema Allah imbabazi ku vyaha vyanyu, mwongere mwigaye kuri Yo ubugarariji bwanyu; mu vy'ukuri, ni Yo Nyenimbabazinyinshi;

فَقُلْتُ ٱسْتَغْفِرُواْ رَبَّكُمْ إِنَّهُۥ كَانَ غَفَّارًا ۝١٠

11. Nimwicisha bugufi ku Mana Allah, Izoheza Ibamanurire imvura nyinshi;

يُرْسِلِ ٱلسَّمَآءَ عَلَيْكُم مِّدْرَارًا ۝١١

12. Yongere Ibahe amatungo menshi n'ibibondo, Ibahe n'imirima itotahaye hamwe n'inzuzi.

وَيُمْدِدْكُم بِأَمْوَٰلٍ وَبَنِينَ وَيَجْعَل لَّكُمْ جَنَّٰتٍ وَيَجْعَل لَّكُمْ أَنْهَرًا ۝١٢

13. Mbega bantu! Ko mutubaha Imana yanyu Allah ngo muyizere, muyisenge!

مَّا لَكُمْ لَا تَرْجُونَ لِلَّهِ وَقَارًا ۝١٣

14. Mu gihe ari Yo Yabaremye mu rukurikirane rutandukanye[1];

وَقَدْ خَلَقَكُمْ أَطْوَارًا ۝١٤

15. Mbega, ntimubona ukuntu Imana Allah Yaremye amajuru indwi agerekeranye!

أَلَمْ تَرَوْاْ كَيْفَ خَلَقَ ٱللَّهُ سَبْعَ سَمَٰوَٰتٍ طِبَاقًا ۝١٥

16. Iraheza Igira ukwezi kubabonesherezа mw'ijuru ribegereye, Igira n'izuba ngo ribabere itara ryakiriza bose rikabasusurutsa!

وَجَعَلَ ٱلْقَمَرَ فِيهِنَّ نُورًا وَجَعَلَ ٱلشَّمْسَ سِرَاجًا ۝١٦

17. Burya Imana Allah, Yaremye inkomoko yanyu mw'ivu[2]; nka kurya Imeza imbuto mw'isi;

وَٱللَّهُ أَنۢبَتَكُم مِّنَ ٱلْأَرْضِ نَبَاتًا ۝١٧

---

[1] Yarabaremye mu ntanga, hanyuma Iziremamwo amaraso avuze; hanyuma Iyaremamwo igihimba c'inyama, hanyuma Ikiremamwo amagufa; hanyuma Iraheza Yambika nya magufa inyama.
[2] Imana Allah Yaremye so wanyu Adamu mw'ivu, Iraheza Itegekanya ibikenewe mu mfungurwa mw'ivu, kugira ngo ashobore kubandanya kuba kw'isi.

18. Hanyuma, Imana Allah Izobasubiza mw'ivu mupfuye, Iheze Inaribazuremwo kandi ku musi w'impera.

ثُمَّ يُعِيدُكُمْ فِيهَا وَيُخْرِجُكُمْ إِخْرَاجًا ﴿١٨﴾

19. Imana Allah, ni Yo Yabagiriye isi nk'isaso;

وَٱللَّهُ جَعَلَ لَكُمُ ٱلْأَرْضَ بِسَاطًا ﴿١٩﴾

20. Kugira ngo mugendagende mwidegemvye kuri yo".

لِّتَسْلُكُوا۟ مِنْهَا سُبُلًا فِجَاجًا ﴿٢٠﴾

21. Intumwa y'Imana Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), yavuze iti: "Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri, abantu banje barimonogoje mu kungarariza, baraheza bakurikira abantu ata co amatungo yabo n'abana babo bizobungura, atari uguhuba kw'isi no guhomba mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

قَالَ نُوحٌ رَّبِّ إِنَّهُمْ عَصَوْنِى وَٱتَّبَعُوا۟ مَن لَّمْ يَزِدْهُ مَالُهُۥ وَوَلَدُهُۥٓ إِلَّا خَسَارًا ﴿٢١﴾

22. Abarongoye abandi, baragize n'ubwononyi bukomeye mu guhubisha ababumvira;

وَمَكَرُوا۟ مَكْرًا كُبَّارًا ﴿٢٢﴾

23. Baraheza bavuga babwira ba nyarucari bati: "Ntimurote muvavanura no gusenga imana zanyu ngo musenge Imana ya Nuhu; ntimureke gusenga "Waddu", canke "Suwaa'u", canke "Yaghuuthi", canke "Ya'uuqa" na "Nasri"[1]".

وَقَالُوا۟ لَا تَذَرُنَّ ءَالِهَتَكُمْ وَلَا تَذَرُنَّ وَدًّا وَلَا سُوَاعًا وَلَا يَغُوثَ وَيَعُوقَ وَنَسْرًا ﴿٢٣﴾

24. Mu vy'ukuri abarongoye abandi, baramaze guhubisha ba nyarucari benshi. Kubera ivyo rero Mana! Ndagusavye ntiwongerereze abirenganije mu kukugarariza, kiretse ubuhuvyi n'agahombo ku kandi".

وَقَدْ أَضَلُّوا۟ كَثِيرًا ۖ وَلَا تَزِدِ ٱلظَّٰلِمِينَ إِلَّا ضَلَٰلًا ﴿٢٤﴾

25. Kubera ibicumuro vyabo vy'agahomerabunwa rero, basomeshejwe nturi biturutse kw'isegenya. Bazokwinjizwa no mu muriro udahera. Ntibazoshobora kuronka ababatabara mu bihano, kiretse Imana Allah.

مِّمَّا خَطِيٓـَٰٔتِهِمْ أُغْرِقُوا۟ فَأُدْخِلُوا۟ نَارًا فَلَمْ يَجِدُوا۟ لَهُم مِّن دُونِ ٱللَّهِ أَنصَارًا ﴿٢٥﴾

26. Intumwa y'Imana Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), imaze kwihebura ko batacemeye, yavuze iti: "Mana yanje Rurema Allah! Ntusige n'igisanira muri abo bagarariji, kigendagenda kw'isi;

وَقَالَ نُوحٌ رَّبِّ لَا تَذَرْ عَلَى ٱلْأَرْضِ مِنَ ٱلْكَٰفِرِينَ دَيَّارًا ﴿٢٦﴾

27. Mu vy'ukuri, niwabasigaza kuri iyi si, bazohubisha ibiremwa vyawe, kandi ntibazokwibaruka atari abantu b'abanyavyaha, b'abagarariji;

إِنَّكَ إِن تَذَرْهُمْ يُضِلُّوا۟ عِبَادَكَ وَلَا يَلِدُوٓا۟ إِلَّا فَاجِرًا كَفَّارًا ﴿٢٧﴾

28. Mana yanje Rurema Allah! Ngirira imbabazi jewe n'abavyeyi banje, n'uwo wese yinjiye mu nzu yanje yemera Imana Allah. Wongere ubabarire abemeramana n'abemeramanakazi, kandi ntiwongerereze abirenganije mu kugarariza, kiretse ukubahonya kw'isi, hamwe n'agahombo mu buzima bw'inyuma yo gupfa".

رَّبِّ ٱغْفِرْ لِى وَلِوَٰلِدَىَّ وَلِمَن دَخَلَ بَيْتِىَ مُؤْمِنًا وَلِلْمُؤْمِنِينَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتِ ۗ وَلَا تَزِدِ ٱلظَّٰلِمِينَ إِلَّا تَبَارًا ﴿٢٨﴾

---

[1] Ayo, ni amazina y'abantu beranda, bigeze kubaho hanyuma barapfa, maze shetani iraheza yosha abantu babo ko bobagirira ivyibutso bazokwama babibukirako, gutyo bagamburukire Imana Allah kurusha. Abashinze ivyo vyibutso, bamaze guhwera, hagaca igihe kirekire, shetani yashotse yosha abuzukuruza babo ko bosenga nya vyibutso, bakanavyifashisha mu gusaba. Ni na co gituma rero, kizira kikaziriizwa kugira ibishusho n'ivyibutso, kwubakira iburi ku mva, kuko inyuma y'igihe kirekire birashobora gusengwa mu gishingo c'Imana Allah.

72. Al-Jinni (Amajini)
Aayah 28, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

قُلْ أُوحِيَ إِلَيَّ أَنَّهُ ٱسْتَمَعَ نَفَرٌ مِّنَ ٱلْجِنِّ فَقَالُوٓاْ إِنَّا سَمِعْنَا قُرْءَانًا عَجَبًا ۝١

1. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abantu bawe uti: "Jewe, narahishuriwe ko umugwi w'Amajini wumvirije Qor'ani ndiko ndayisoma, uca ubwira benewabo uti: "Mu vy'ukuri twebwe Amajini, twumvise Qor'ani y'igitangaza;

يَهْدِيٓ إِلَى ٱلرُّشْدِ فَـَٔامَنَّا بِهِۦ ۖ وَلَن نُّشْرِكَ بِرَبِّنَآ أَحَدًا ۝٢

2. Irongora mu nzira igororotse, duca turayemera ko ari amajambo y'Imana Allah. Ntituzokwigera tubangikanya Imana yacu Rurema Allah n'ikintu na kimwe.

وَأَنَّهُۥ تَعَٰلَىٰ جَدُّ رَبِّنَا مَا ٱتَّخَذَ صَٰحِبَةً وَلَا وَلَدًا ۝٣

3. Twemera n'uko Imana yacu Rurema Allah Nyaguhabwa icubahiro n'iteka biyikwiye, Itigeze Igira umugore canke umwana;

وَأَنَّهُۥ كَانَ يَقُولُ سَفِيهُنَا عَلَى ٱللَّهِ شَطَطًا ۝٤

4. N'uko uwakehewe n'ubwenge muri twebwe ari we Ibilisi, yahora arementaniriza Imana Allah mu kuyomekera umugore n'umwana;

وَأَنَّا ظَنَنَّآ أَن لَّن تَقُولَ ٱلْإِنسُ وَٱلْجِنُّ عَلَى ٱللَّهِ كَذِبًا ۝٥

5. Mu vy'ukuri, twahora twiyumvira ko abantu hamwe n'Amajini, batazorementaniriza Imana Allah mu kuyomekera umugore n'umwana;

وَأَنَّهُۥ كَانَ رِجَالٌ مِّنَ ٱلْإِنسِ يَعُوذُونَ بِرِجَالٍ مِّنَ ٱلْجِنِّ فَزَادُوهُمْ رَهَقًا ۝٦

6. Twiyumvira n'uko, hariho abagabo mu biremwa-muntu, bahora bikingira ku bagabo mu Majini ngo babakingire ibibi mu rugendo[1], gutyo Amajini yongerereza abantu ubwoba bwo kuyatinya;

وَأَنَّهُمْ ظَنُّواْ كَمَا ظَنَنتُمْ أَن لَّن يَبْعَثَ ٱللَّهُ أَحَدًا ۝٧

7. N'uko abagarariji mu bantu, biyumvira nk'uko mwebwe Amajini mwiyumvira, ko Imana Allah Itazozura n'umwe mu biremwa.

وَأَنَّا لَمَسْنَا ٱلسَّمَآءَ فَوَجَدْنَٰهَا مُلِئَتْ حَرَسًا شَدِيدًا وَشُهُبًا ۝٨

8. Mu vy'ukuri, twaratumbereye amaja kw'ijuru gusuma urusaku, dusanga ryuzuye abamalayika bakomeye cane baricungereye n'ibishirira vy'inyenyeri nyakotsi.

وَأَنَّا كُنَّا نَقْعُدُ مِنْهَا مَقَٰعِدَ لِلسَّمْعِ ۖ فَمَن يَسْتَمِعِ ٱلْـَٰٔنَ يَجِدْ لَهُۥ شِهَابًا رَّصَدًا ۝٩

9. Mu vy'ukuri, twahora twicara ku mfuruka zaryo, mu vyicaro vyo gusuma urusaku. Kuva ubu, uwo wese rero ahirahiye ngo asume urusaku amaja kw'ijuru, asanga arindiriwe n'igishirira nyakotsi giturira[2].

وَأَنَّا لَا نَدْرِيٓ أَشَرٌّ أُرِيدَ بِمَن فِي ٱلْأَرْضِ أَمْ أَرَادَ بِهِمْ رَبُّهُمْ رَشَدًا ۝١٠

10. Mu vy'ukuri, ntituzi rero ko gucungera ijuru bidasanzwe, ari ku nabi y'abari kw'isi, canke ko Imana yabo Rurema Allah Ibashakira ineza n'ubugororotsi!

---

[1] Ukwo kwikingira ibibi ku biremwa, ari na kwo Imana Allah Yihanije ababangikanyamana, ni ibangikanyamana rikuru. Ntiribabarirwa n'Imana Allah, kiretse mu gihe uwarigize yigaye nya kwigaya ku Mana Allah. Iyi Aayah rero hamwe n'ivyo, irihaniza cane kuja ku bapfumu, ba rumenyi na ba senyagara, n'abandi.

[2] Muri iyi Aayah ya 9 n'iya 10, harimwo icemezo c'uko abapfumu, abarozi, ba rumenyi na ba senyagara, batazi namba ibinyegejwe ibiremwa.

11. Mu vy'ukuri, burya muri twebwe Amajini, harimwo abagororotsi bikwiye, harimwo kandi abagarariji n'ibigaba. Turi imigwi itandukanye mu kwemera.

وَأَنَّا مِنَّا ٱلصَّٰلِحُونَ وَمِنَّا دُونَ ذَٰلِكَ ۖ كُنَّا طَرَآئِقَ قِدَدًا ﴿١١﴾

12. Mu vy'ukuri, twari tuzi ko tutazonanira Imana Allah, aho tuzoba turi hose, haba kw'isi canke mu kirere, kandi ko ata buhungiro.

وَأَنَّا ظَنَنَّآ أَن لَّن نُّعْجِزَ ٱللَّهَ فِى ٱلْأَرْضِ وَلَن نُّعْجِزَهُۥ هَرَبًا ﴿١٢﴾

13. Mu vy'ukuri, igihe twumva Qor'ani, twaciye tuyemera ata guhigimanga ko ari ukuri kuvuye ku Mana Allah. Kubera ivyo rero, uwo wese yemera Imana yiwe Rurema Allah, ntatinya kurenganywa mu kugabanywa ku ndishi canke kurengerezwa ku vyaha.

وَأَنَّا لَمَّا سَمِعْنَا ٱلْهُدَىٰٓ ءَامَنَّا بِهِۦ ۖ فَمَن يُؤْمِنۢ بِرَبِّهِۦ فَلَا يَخَافُ بَخْسًا وَلَا رَهَقًا ﴿١٣﴾

14. Muri twebwe rero, harimwo abislamu b'ukuri, hakabamwo n'abirenganya mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah. Abazokwicisha bugufi rero bakaba abislamu; abo, ni bo bazoba batumbereye inzira y'ukuri.

وَأَنَّا مِنَّا ٱلْمُسْلِمُونَ وَمِنَّا ٱلْقَٰسِطُونَ ۖ فَمَنْ أَسْلَمَ فَأُو۟لَٰٓئِكَ تَحَرَّوْا۟ رَشَدًا ﴿١٤﴾

15. Nayo abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah; abo, ni bo bazoba inkwi z'umuriro udahera Jahannamu".

وَأَمَّا ٱلْقَٰسِطُونَ فَكَانُوا۟ لِجَهَنَّمَ حَطَبًا ﴿١٥﴾

16. Iyo abagarariji mu bantu no mu Majini barongoka mu nzira y'ukwemera Imana Allah, bakaba abislamu, Twebwe Allah, Twari kubaronsa amazi menshi cane bakoroherwa mu kuronka ibibabeshaho mu buzima bwo kw'isi;

وَأَلَّوِ ٱسْتَقَٰمُوا۟ عَلَى ٱلطَّرِيقَةِ لَأَسْقَيْنَٰهُم مَّآءً غَدَقًا ﴿١٦﴾

17. Kugira ngo Tubagerageze ko bashima inema bahawe n'Imana Allah. Uwo wese rero azokwirengagiza kwumviriza no kugendera urwibutso rw'Imana yiwe Rurema Allah rwa Qor'ani, Imana Allah Izomushira mu bihano bikomeye.

لِّنَفْتِنَهُمْ فِيهِ ۚ وَمَن يُعْرِضْ عَن ذِكْرِ رَبِّهِۦ يَسْلُكْهُ عَذَابًا صَعَدًا ﴿١٧﴾

18. Mu vy'ukuri imisigiti yose, ni iy'Imana Allah, yagenewe ko Isengerwamwo. Kubera ivyo rero, ntimuze muyisengeremwo ikindi kintu hamwe n'Imana Allah, gutyo muheze musabe, musenge ku bw'Imana Allah[1].

وَأَنَّ ٱلْمَسَٰجِدَ لِلَّهِ فَلَا تَدْعُوا۟ مَعَ ٱللَّهِ أَحَدًا ﴿١٨﴾

19. Narahishuriwe n'uko igihe Umuja w'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yariko arasengera ahitwa Batwnu Nakhla, Amajini yahatswe kwuriranako bitewe n'umugundano wo guhurumbira kwumviriza Qor'ani.

وَأَنَّهُۥ لَمَّا قَامَ عَبْدُ ٱللَّهِ يَدْعُوهُ كَادُوا۟ يَكُونُونَ عَلَيْهِ لِبَدًا ﴿١٩﴾

20. Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire abagarariji uti: "Jewe, nsenga gusa Imana yanje Rurema Allah Yonyene, kandi sindayibangikanya n'ikindi kintu mu kuyisenga".

قُلْ إِنَّمَآ أَدْعُوا۟ رَبِّى وَلَآ أُشْرِكُ بِهِۦٓ أَحَدًا ﴿٢٠﴾

[1] Iyi Aayah, ibwiriza kwubahiriza imisigiti mu kutayikoreramwo ikintu ico ari co cose cotosekaza izirikanamana, ikanahimiriza no gukurikira Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

21. Babwire uti: “Jewe mu vy’ukuri, nta bushobozi mfise bwo kubakingira ikibi canke bwo kubaronsa iciza”.

قُلْ إِنِّي لَآ أَمْلِكُ لَكُمْ ضَرًّا وَلَا رَشَدًا ﴿٢١﴾

22. Babwire uti: “Jewe mu vy’ukuri, nta n’umwe ashoboye kunkingira ibihano vy’Imana Allah mu gihe noyigarariza; kandi muri ico gihe, nta buhungiro noronka atari ku Mana Allah;

قُلْ إِنِّي لَن يُجِيرَنِي مِنَ ٱللَّهِ أَحَدٌ وَلَنْ أَجِدَ مِن دُونِهِۦ مُلْتَحَدًا ﴿٢٢﴾

23. Nta na kimwe njejwe, kiretse gushikiriza ubutumwa, Imana Allah Yandungikanye. Uwo wese rero azogarariza Imana Allah hamwe n’Intumwa yayo, nta nkeka ko indishi yiwe ari umuriro udahera Jahannamu, azowubamwo ibihe bidahera, mu bihano vyamaho”.

إِلَّا بَلَٰغًا مِّنَ ٱللَّهِ وَرِسَٰلَٰتِهِۦ ۚ وَمَن يَعْصِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ فَإِنَّ لَهُۥ نَارَ جَهَنَّمَ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدًا ﴿٢٣﴾

24. Kugeza aho ababangikanyamana bazobonera ibihano basezeraniwe, aho ni ho rero bazoheza bagatahura uwufise abatabazi bagoyagoya, kandi bari ku rushi.

حَتَّىٰٓ إِذَا رَأَوْا۟ مَا يُوعَدُونَ فَسَيَعْلَمُونَ مَنْ أَضْعَفُ نَاصِرًا وَأَقَلُّ عَدَدًا ﴿٢٤﴾

25. Ntumwa y’Imana! Bwira ababangikanyamana uti: “Sinzi ko ivyo bihano mwasezeraniwe biri hafi gushika, canke ko Imana yanje Rurema Allah Izobiha ikiringo kirekire, bitarashika”.

قُلْ إِنْ أَدْرِىٓ أَقَرِيبٌ مَّا تُوعَدُونَ أَمْ يَجْعَلُ لَهُۥ رَبِّىٓ أَمَدًا ﴿٢٥﴾

26. Imana Allah, ni Yo Izi ibinyegejwe ibiremwa, kandi ntiyereka uwo ari we wese ivyo binyegezwa vyayo;

عَٰلِمُ ٱلْغَيْبِ فَلَا يُظْهِرُ عَلَىٰ غَيْبِهِۦٓ أَحَدًا ﴿٢٦﴾

27. Kiretse uwo Yishimiye Ikamugira Intumwa. Uyo muri ico gihe rero, Imana Allah Iraheza Ikamwereka mu binyegezwa vyayo, Ikanamurungikira abamalayika bamucungereye imbere n’inyuma yiwe, ku kuzitira abasumyi b’urusaku mu Majini[1];

إِلَّا مَنِ ٱرْتَضَىٰ مِن رَّسُولٍ فَإِنَّهُۥ يَسْلُكُ مِنۢ بَيْنِ يَدَيْهِ وَمِنْ خَلْفِهِۦ رَصَدًا ﴿٢٧﴾

28. Kugira ngo Intumwa (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), imenye ko n'Intumwa z’aho hambere yayo, zakingiwe nkayo mu gihe co gushikiriza ubutumwa, n’uko ikingiwe Amajini nk’uko zakingiwe; yongere imenye n’uko ubumenyi bw’Imana Allah, bukikuje ukuntu izo Ntumwa zimerewe hamwe n’amabwirizwa zikeneye kwisunga; imenye kandi n’uko Imana Allah Izi bikwiye igitigiri c’ibintu vyose.

لِّيَعْلَمَ أَن قَدْ أَبْلَغُوا۟ رِسَٰلَٰتِ رَبِّهِمْ وَأَحَاطَ بِمَا لَدَيْهِمْ وَأَحْصَىٰ كُلَّ شَىْءٍ عَدَدًا ﴿٢٨﴾

73. Al-Muzzammil (Uwizingiriye mu mpuzu)
Aayah 20, Makka

Kw’izina ry’Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ewe wizingiriye mu mpuzu!

يَٰٓأَيُّهَا ٱلْمُزَّمِّلُ ﴿١﴾

2. Haguruka usenge mw’ijoro, usigaze umwanya muto wo kuruhuka;

قُمِ ٱلَّيْلَ إِلَّا قَلِيلًا ﴿٢﴾

[1] Kugira ntihagire n’umwe mu Majini ashobora gusuma urusaku mu kumenya ibinyegezwa vyayo.

3. Senga igice c'ijoro canke ugabanyeko gato gushika ku ca gatatu caryo;

نِّصْفَهُۥٓ أَوِ ٱنقُصْ مِنْهُ قَلِيلًا ۝٣

4. Canke wongereko gato gushika ku vya gatatu bibiri, hanyuma usome neza Qor'ani ntagatifu mu bwitonzi, wubahirije amategeko y'ukuntu isomwa.

أَوْ زِدْ عَلَيْهِ وَرَتِّلِ ٱلْقُرْءَانَ تَرْتِيلًا ۝٤

5. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Tuzokumanurira Qor'ani irimwo amabwirizwa ahambaye.

إِنَّا سَنُلْقِى عَلَيْكَ قَوْلًا ثَقِيلًا ۝٥

6. Mu vy'ukuri, ukwiyegereza Imana Allah mu gusenga mw'ijoro, kuratururuza umushaha kurusha, kandi kuratuma utahura neza igisomwa, kuko umuntu muri uwo mwanya, nta buremere n'umwitwarariko w'ivy'isi biba bimuhanze.

إِنَّ نَاشِئَةَ ٱلَّيْلِ هِىَ أَشَدُّ وَطْـًٔا وَأَقْوَمُ قِيلًا ۝٦

7. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri ku murango, urafise umwanya munini ukwiye wo gutunganya ivyawe n'ibindi bikorwa vy'ishikirizabutumwa. Kubera ivyo rero, koresha umwanya wo mw'ijoro mu gusenga Imana yawe Allah;

إِنَّ لَكَ فِى ٱلنَّهَارِ سَبْحًا طَوِيلًا ۝٧

8. Wongere uninahaze Izina ry'Imana yawe Rurema Allah, kandi wamizeko kuyisenga bimwe bivuye ku mutima, unayizere.

وَٱذْكُرِ ٱسْمَ رَبِّكَ وَتَبَتَّلْ إِلَيْهِ تَبْتِيلًا ۝٨

9. Imana Allah, ni Yo Mubungabunzi Rugaba w'ubuseruko n'uburengero n'ibiri hagati y'aho, nta mana rero ibwirijwe gusengwa atari Yo Yonyene gusa. Kubera ivyo rero, yizere uheze uyigire Umuhagarikizi wawe muri vyose.

رَّبُّ ٱلْمَشْرِقِ وَٱلْمَغْرِبِ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ فَٱتَّخِذْهُ وَكِيلًا ۝٩

10. Uheze wihanganire n'ivyo ababangikanyamana bakuvugako, mu kugutyoza wewe hamwe n'idini warungikanwe, maze witandukanye n'ivyo bakora unabirengagize ata gahigihigi.

وَٱصْبِرْ عَلَىٰ مَا يَقُولُونَ وَٱهْجُرْهُمْ هَجْرًا جَمِيلًا ۝١٠

11. Maze undekere Jewe Allah abahakana Aayah zanje, borohewe mu buzima bwo kw'isi; batenyenyere gato, maze ubandekere vuba bwango bazokwibonerako.

وَذَرْنِى وَٱلْمُكَذِّبِينَ أُو۟لِى ٱلنَّعْمَةِ وَمَهِّلْهُمْ قَلِيلًا ۝١١

12. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Turafise ibihano Twabateguriye mu buzima bw'inyuma yo gupfa; ibihano vyo kuboheshwa iminyororo iremereye no guturirwa mu muriro ururumba ata guhesha;

إِنَّ لَدَيْنَآ أَنكَالًا وَجَحِيمًا ۝١٢

13. N'imfungurwa zihagama uwuziriye, n'ibindi bihano vy'akataraboneka bibabaza cane bibarindiriye;

وَطَعَامًا ذَا غُصَّةٍ وَعَذَابًا أَلِيمًا ۝١٣

14. Umusi isi hamwe n'imisozi bizogigima, maze imisozi ikaba nk'amaburi y'umusenyi woroshe yayotse.

يَوْمَ تَرْجُفُ ٱلْأَرْضُ وَٱلْجِبَالُ وَكَانَتِ ٱلْجِبَالُ كَثِيبًا مَّهِيلًا ۝١٤

15. Bantu b'i Makka! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarabarungikiye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kugira itubere icabona ku bugarariji n'ubugaba bwanyu, nk'uko Twarungikiye Firawuni Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah);

إِنَّآ أَرْسَلْنَآ إِلَيْكُمْ رَسُولًا شَٰهِدًا عَلَيْكُمْ كَمَآ أَرْسَلْنَآ إِلَىٰ فِرْعَوْنَ رَسُولًا ۝١٥

16. Ni uko rero, Firawuni yarahakanye iyo Ntumwa, ntiyaheza ngo ayemere, Dushoka Tumuhanisha ibihano vy'akarorero[1].

فَعَصَىٰ فِرْعَوْنُ ٱلرَّسُولَ فَأَخَذْنَٰهُ أَخْذًا وَبِيلًا ﴿١٦﴾

17. Mbega none, ni gute mwokwikingira - mu gihe mwobandanya kugarariza - ibihano vy'umusi w'izuka, umusi uzosazisha abana bakamera imvi kubera intureka zawo!

فَكَيْفَ تَتَّقُونَ إِن كَفَرْتُمْ يَوْمًا يَجْعَلُ ٱلْوِلْدَٰنَ شِيبًا ﴿١٧﴾

18. Kuri uwo musi, ijuru rizokwata imigaga. Ni isango ry'Imana Allah ritegerezwa gushika nta gisivya.

ٱلسَّمَآءُ مُنفَطِرٌۢ بِهِۦ ۚ كَانَ وَعْدُهُۥ مَفْعُولًا ﴿١٨﴾

19. Mu vy'ukuri, izi Aayah za Qor'ani zigabisha, zirimwo urwibutso ku bantu. Uwushaka kwibuka rero, niyumvire Imana Allah, maze afate inzira igana ku Mana yiwe Rurema Allah.

إِنَّ هَٰذِهِۦ تَذْكِرَةٌ ۖ فَمَن شَآءَ ٱتَّخَذَ إِلَىٰ رَبِّهِۦ سَبِيلًا ﴿١٩﴾

20. Muvugishwamana! Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, Irazi ko wewe hari igihe uhaguruka mw'ijoro gusenga umwanya wababa ivya gatatu bibiri vyaryo, ikindi gihe ugasenga igice caryo canke ica gatatu caryo; kandi aho hose uba uri kumwe na bamwe mu ngendanyi zawe. Burya Imana Allah, ni Yo Itunganya ibiringo vy'ijoro n'umurango. Imana Allah rero, Irazi ko mutazoshobora kwubahiriza ibiringo vyo gusenga ijoro ryose, kubera ivyo rero, Iraborohereje. Muraheza rero musome mw'isengesho ryo mw'ijoro, ibisomwa vyoroshe muri Qor'ani. Imana Allah, Irazi ko muri mwebwe hazobamwo abarwaye, abafata ingendo baja kurondera icorirenza mu mpano z'Imana Allah, n'abandi rero baja guharanira idini ryayo. Kubera ivyo rero, murasoma mw'isengesho ryo mu gicugu, ibisomwa biboroheye muri Qor'ani, muheze mutsimbataze n'amasengesho-bwirizwa, mwongere mutange n'ishikanwa-bwirizwa, hanyuma mugurane Imana Allah, ingurane nziza mu gutanga imperezwa ku bwayo. Nta na kimwe rero mutanga ku neza yanyu, kiretse ko muzosanga indishi yaco ku Mana Allah, muzosanga ari ineza n'indishi nyinshi kuruta ivyo mwatanze kw'isi. Nimusabe kandi imbabazi ku Mana Allah mu bihe vyose. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

۞ إِنَّ رَبَّكَ يَعْلَمُ أَنَّكَ تَقُومُ أَدْنَىٰ مِن ثُلُثَىِ ٱلَّيْلِ وَنِصْفَهُۥ وَثُلُثَهُۥ وَطَآئِفَةٌ مِّنَ ٱلَّذِينَ مَعَكَ ۚ وَٱللَّهُ يُقَدِّرُ ٱلَّيْلَ وَٱلنَّهَارَ ۚ عَلِمَ أَن لَّن تُحْصُوهُ فَتَابَ عَلَيْكُمْ ۖ فَٱقْرَءُوا۟ مَا تَيَسَّرَ مِنَ ٱلْقُرْءَانِ ۚ عَلِمَ أَن سَيَكُونُ مِنكُم مَّرْضَىٰ وَءَاخَرُونَ يَضْرِبُونَ فِى ٱلْأَرْضِ يَبْتَغُونَ مِن فَضْلِ ٱللَّهِ وَءَاخَرُونَ يُقَٰتِلُونَ فِى سَبِيلِ ٱللَّهِ ۖ فَٱقْرَءُوا۟ مَا تَيَسَّرَ مِنْهُ ۚ وَأَقِيمُوا۟ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتُوا۟ ٱلزَّكَوٰةَ وَأَقْرِضُوا۟ ٱللَّهَ قَرْضًا حَسَنًا ۚ وَمَا تُقَدِّمُوا۟ لِأَنفُسِكُم مِّنْ خَيْرٍ تَجِدُوهُ عِندَ ٱللَّهِ هُوَ خَيْرًا وَأَعْظَمَ أَجْرًا ۚ وَٱسْتَغْفِرُوا۟ ٱللَّهَ ۖ إِنَّ ٱللَّهَ غَفُورٌ رَّحِيمٌ ﴿٢٠﴾

[1] Iyi Aayah, iragabisha uwo wese aca kubiri n'Intumwa akagabitanya, ko ashobora gushikirwa n'ibihano nk'ivyashikiye Firawuni n'abantu biwe.

74. Al-Muddatthir (Uwipfutse)
Aayah 56, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Ewe wipfutse impuzu!	يَٰٓأَيُّهَا ٱلْمُدَّثِّرُ ﴿١﴾
2. Haguruka ugabishe abantu ku bihano vy'Imana Allah;	قُمْ فَأَنذِرْ ﴿٢﴾
3. Ninahaza wongere ukuze n'Imana yawe Rurema Allah, mu kuyiyegereza mu vyo ukora vyose;	وَرَبَّكَ فَكَبِّرْ ﴿٣﴾
4. Sukura n'impuzu zawe ibihumanya kuko isuku ry'ibiboneka riranga isuku ry'umushaha n'ibitaboneka;	وَثِيَابَكَ فَطَهِّرْ ﴿٤﴾
5. Bandanya witandukanye n'ibigirwamana vyose ntukavyegere;	وَٱلرُّجْزَ فَٱهْجُرْ ﴿٥﴾
6. Kandi ntugatange uzeye gusubirizwa mu ndumane umurengera;	وَلَا تَمْنُن تَسْتَكْثِرُ ﴿٦﴾
7. Kubera ugushimwa n'Imana yawe Rurema Allah, niwihanganire ishira mu ngiro ry'amabwirizwa yayo.	وَلِرَبِّكَ فَٱصْبِرْ ﴿٧﴾
8. Nihavuzwa inzamba ya kabiri yo kuzuka;	فَإِذَا نُقِرَ فِى ٱلنَّاقُورِ ﴿٨﴾
9. Uwo musi, ni wo uzoba uremereye cane ku bagarariji;	فَذَٰلِكَ يَوْمَئِذٍ يَوْمٌ عَسِيرٌ ﴿٩﴾
10. Ntuzoborohera na gato kubera ibibazo vy'iharurirwa.	عَلَى ٱلْكَٰفِرِينَ غَيْرُ يَسِيرٍ ﴿١٠﴾
11. Ntumwa y'Imana! Ndekera Jewe Allah, uwo Naremye mu nda ya nyina ari wenyene, ata matungo ata n'abana yavukanye;	ذَرْنِى وَمَنْ خَلَقْتُ وَحِيدًا ﴿١١﴾
12. Ndaheza Ndamuha amatungo menshi amaze kuvuka;	وَجَعَلْتُ لَهُۥ مَالًا مَّمْدُودًا ﴿١٢﴾
13. N'abana bama hambavu yiwe i Makka;	وَبَنِينَ شُهُودًا ﴿١٣﴾
14. Ndamworohereza no mu buzima bw'isi, Ndamuhesha n'icubahiro;	وَمَهَّدتُّ لَهُۥ تَمْهِيدًا ﴿١٤﴾
15. Hanyuma akipfuza ko Nomwongerereza ku vyo afise, kandi yarangararije!	ثُمَّ يَطْمَعُ أَنْ أَزِيدَ ﴿١٥﴾
16. Eka, nateshwe ate, arahumba! Mu vy'ukuri, ni umuntu yama yarwanije Aayah n'ivyemezo vyacu;	كَلَّآ ۖ إِنَّهُۥ كَانَ لِـَٔايَٰتِنَا عَنِيدًا ﴿١٦﴾
17. Nzomuha ibihano bikomakomeye cane ata gahengwe[1].	سَأُرْهِقُهُۥ صَعُودًا ﴿١٧﴾
18. Mu vy'ukuri, yaricaye ariyumvira ico yotegekanya, kugira atyoze Qor'ani n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).	إِنَّهُۥ فَكَّرَ وَقَدَّرَ ﴿١٨﴾
19. Nyakuvumwa n'Imana Allah! Ukuntu yategekanije iryo tyoza!	فَقُتِلَ كَيْفَ قَدَّرَ ﴿١٩﴾

[1] Uwuvugwa muri izi Aayah, ni umuhakanyi ruhebwa w'i Makka, yitwa Al-Waliid mwene Al-Mughiira. Ibihano yasezeraniwe ng'aho, bitegekanirijwe uwo wese ahakana akarwanya ukuri yivuye inyuma.

20. Hanyuma, nyakuvumwa n'Imana Allah! Ukuntu yategekanije iryo tyoza!

ثُمَّ قُتِلَ كَيْفَ قَدَّرَ ﴿٢٠﴾

21. Hanyuma arihweza ico yovuga mu gutyoza Qor'ani n'Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah);

ثُمَّ نَظَرَ ﴿٢١﴾

22. Araheza arijirirwa mu maso, aranyinyirwa kuko atorohewe kuronka ico yovuga.

ثُمَّ عَبَسَ وَبَسَرَ ﴿٢٢﴾

23. Hanyuma arirengagiza ukuri n'amanyama menshi ku bwishime;

ثُمَّ أَدْبَرَ وَٱسْتَكْبَرَ ﴿٢٣﴾

24. Aca avuga atyoza Qor'ani ati: "Iyi Qor'ani si ikindi, kiretse ko ari uburozi, Muhamadi yarazwe n'ab'aho hambere;

فَقَالَ إِنْ هَٰذَآ إِلَّا سِحْرٌ يُؤْثَرُ ﴿٢٤﴾

25. Mu vy'ukuri Qor'ani si ikindi, kiretse ko ari amajambo yabuye ku bantu b'abakurambere, araheza ayitirira Imana".

إِنْ هَٰذَآ إِلَّا قَوْلُ ٱلْبَشَرِ ﴿٢٥﴾

26. Jewe Allah, Nzomuta mu muriro ubabura.

سَأُصْلِيهِ سَقَرَ ﴿٢٦﴾

27. Mbega ni igiki cokumenyesha uwo muriro ubabura ico ari co?

وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا سَقَرُ ﴿٢٧﴾

28. Nta co usigaza utakirigise, nta n'ico urekura ngo gicaruke;

لَا تُبْقِي وَلَا تَذَرُ ﴿٢٨﴾

29. Ubabura urukoba rw'umubiri mu kanya isase;

لَوَّاحَةٌ لِّلْبَشَرِ ﴿٢٩﴾

30. Ucungerewe n'abamalayika b'ibihangange cumi n'icenda, bakaba ari na bo bajejwe guhana.

عَلَيْهَا تِسْعَةَ عَشَرَ ﴿٣٠﴾

31. Twebwe Allah, ntitwashizeho abacungera uwo muriro, atari abamalayika b'ibihangange. Ntitwanagize ico gitigiri cabo, atari ukugira ngo kibe ikigeragezo ku bagarariji; kugira n'abahawe Igitabu bamenye ko Qor'ani ari ukuri; no kugira ngo ukwemera kw'abemera Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, kwiyongere; no kugira ngo abahawe Igitabu n'abemeramana ntibasubire gukekeranya mw'idini ku vyerekeye igitigiri c'abamalayika bacungereye Jahannamu[1]; no kugira ngo abafise indwara y'uburyarya mu mitima yabo n'abagarariji, bavuge batangara bati: "Mbega, Imana Allah Yashatse kuvuga iki mu gutanga aka karorero k'igitigiri c'abamalayika bacungereye umuriro!". Ni nk'ukwo nyene rero Imana Allah, Ihubisha uwo Ishatse kuko yahisemwo uguhakana, Ikarongora mu nzira yayo uwo Ishatse, kuko yahisemwo ukwemera. Nta n'umwe rero azi igitigiri c'ingabo z'Imana yawe Rurema Allah uko kingana, atari Yo Yonyene ubwayo, kanatsinda uwo muriro wa Jahannamu si ikindi, kiretse ko ari urwibutso ku bantu.

وَمَا جَعَلْنَآ أَصْحَٰبَ ٱلنَّارِ إِلَّا مَلَٰٓئِكَةً ۙ وَمَا جَعَلْنَا عِدَّتَهُمْ إِلَّا فِتْنَةً لِّلَّذِينَ كَفَرُوا۟ لِيَسْتَيْقِنَ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ وَيَزْدَادَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ إِيمَٰنًا وَلَا يَرْتَابَ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ وَٱلْمُؤْمِنُونَ وَلِيَقُولَ ٱلَّذِينَ فِى قُلُوبِهِم مَّرَضٌ وَٱلْكَٰفِرُونَ مَاذَآ أَرَادَ ٱللَّهُ بِهَٰذَا مَثَلًا ۚ كَذَٰلِكَ يُضِلُّ ٱللَّهُ مَن يَشَآءُ وَيَهْدِى مَن يَشَآءُ ۚ وَمَا يَعْلَمُ جُنُودَ رَبِّكَ إِلَّا هُوَ ۚ وَمَا هِىَ إِلَّا ذِكْرَىٰ لِلْبَشَرِ ﴿٣١﴾

[1] Kuko ico gitigiri nyene, ni co kivugwa no mu bindi Bitabu vyamanuwe.

32. Eka nibateshwe bate, barahumba! Si uko bahakanye Intumwa na Qor'ani! Jewe Allah, Ndarahiye ku kwezi!	كَلَّا وَٱلْقَمَرِ ﴿٣٢﴾
33. No kw'ijoro iyo bwije hakijima!	وَٱلَّيْلِ إِذْ أَدْبَرَ ﴿٣٣﴾
34. No ku gitondo iyo hakeye bugatamanzura!	وَٱلصُّبْحِ إِذَآ أَسْفَرَ ﴿٣٤﴾
35. Ko mu vy'ukuri uwo muriro wa Jahannamu, ari kimwe mu ntureka zihambaye!	إِنَّهَا لَإِحْدَى ٱلْكُبَرِ ﴿٣٥﴾
36. Kugira ngo habe igabishwa ry'abantu ku bihano vy'Imana Allah;	نَذِيرًا لِّلْبَشَرِ ﴿٣٦﴾
37. Ku wo ari we wese muri mwebwe ashaka gutera intambwe mu kwemera, canke ashaka gutera asubira inyuma mu buhakanyi.	لِمَن شَآءَ مِنكُمْ أَن يَتَقَدَّمَ أَوْ يَتَأَخَّرَ ﴿٣٧﴾
38. Umuntu wese rero azogirwa ingwati ku vyo yakoze, ntazobohorwa kiretse mu gihe yoba yakoze ibitunganye canke ahanwe;	كُلُّ نَفْسٍۭ بِمَا كَسَبَتْ رَهِينَةٌ ﴿٣٨﴾
39. Havuyemwo gusa abantu b'iburyo, bazohabwa ibitabu vy'ibikorwa vyabo mu minwe yabo y'iburyo.	إِلَّآ أَصْحَٰبَ ٱلْيَمِينِ ﴿٣٩﴾
40. Abo rero, ni bo bazoba bari mu mirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, babazanya;	فِى جَنَّٰتٍ يَتَسَآءَلُونَ ﴿٤٠﴾
41. Ukuntu abanyavyaha bamerewe.	عَنِ ٱلْمُجْرِمِينَ ﴿٤١﴾
42. Bazobabaza bati: "Mbega, ni igiki catumye mwinjira mu muriro ubabura wama wegenyejwe?".	مَا سَلَكَكُمْ فِى سَقَرَ ﴿٤٢﴾
43. Na bo bazobishura bati: "Tukiri kw'isi, ntitwari mu basenga amasengesho-bwirizwa;	قَالُوا۟ لَمْ نَكُ مِنَ ٱلْمُصَلِّينَ ﴿٤٣﴾
44. Ntitwigeze tunafungurira abakene;	وَلَمْ نَكُ نُطْعِمُ ٱلْمِسْكِينَ ﴿٤٤﴾
45. Twahora dukora n'ivyaha hamwe n'abanyavyaha;	وَكُنَّا نَخُوضُ مَعَ ٱلْخَآئِضِينَ ﴿٤٥﴾
46. Twahora tunahakana ko ata n'umusi w'impera uriho;	وَكُنَّا نُكَذِّبُ بِيَوْمِ ٱلدِّينِ ﴿٤٦﴾
47. Kugeza n'aho dushikiriwe n'urupfu, tukiri nk'uko turi".	حَتَّىٰٓ أَتَىٰنَا ٱلْيَقِينُ ﴿٤٧﴾
48. Kuri uwo musi rero, ivugira ry'abavugira abandi[1] nta co rizobamarira namba.	فَمَا تَنفَعُهُمْ شَفَٰعَةُ ٱلشَّٰفِعِينَ ﴿٤٨﴾
49. Mbega bafashwe n'iki, ko birengagiza kwibutswa n'iyo Qor'ani!	فَمَا لَهُمْ عَنِ ٱلتَّذْكِرَةِ مُعْرِضِينَ ﴿٤٩﴾
50. Wogira ngo ni imparage zivudutse zitekewe n'ubwoba;	كَأَنَّهُمْ حُمُرٌ مُّسْتَنفِرَةٌ ﴿٥٠﴾
51. Zihunze intambwe.	فَرَّتْ مِن قَسْوَرَةٍۭ ﴿٥١﴾
52. Ahubwo umwe wese muri bo, agomba ko yohabwa Igitabu ciwe bwite, cemeza ko wewe uri Intumwa y'Imana.	بَلْ يُرِيدُ كُلُّ ٱمْرِئٍ مِّنْهُمْ أَن يُؤْتَىٰ صُحُفًا مُّنَشَّرَةً ﴿٥٢﴾

[1] Mu bamalayika, Intumwa n'abandi.

53. Eka nibateshwe bate, barahumba! Si nk'uko bibaza namba, ahubwo ntibatinya ibihano vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa n'iharurirwa, ngo baheze bavyitegurire. كَلَّا ۖ بَل لَّا يَخَافُونَ ٱلْآخِرَةَ ﴿٥٣﴾

54. Eka, nibateshwe bate, barahumba! Mu vy'ukuri iyo Qor'ani, ni urwibutso rukwiye ku wushaka kwibuka. كَلَّآ إِنَّهُۥ تَذْكِرَةٌ ﴿٥٤﴾

55. Uwo wese rero ashaka kunyurwa n'iyo Qor'ani, aranyurwa. فَمَن شَآءَ ذَكَرَهُۥ ﴿٥٥﴾

56. Ntibazonyurwa atari uko Imana Allah Ibishatse. Ni Yo Nyenugutinywa Ikagamburukirwa, ni na Yo Nyenimbabazi. وَمَا يَذْكُرُونَ إِلَّآ أَن يَشَآءَ ٱللَّهُ ۚ هُوَ أَهْلُ ٱلتَّقْوَىٰ وَأَهْلُ ٱلْمَغْفِرَةِ ﴿٥٦﴾

75. Al-Qiyaamah (Izuka ry'ibiremwa)
Aayah 40, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye ku musi w'izuka ry'ibiremwa n'iharurirwa ryavyo! لَآ أُقْسِمُ بِيَوْمِ ٱلْقِيَٰمَةِ ﴿١﴾

2. Ndanarahiye no ku mutima winegura kenshi[1]! Ko ibiremwa bizozuka. وَلَآ أُقْسِمُ بِٱلنَّفْسِ ٱللَّوَّامَةِ ﴿٢﴾

3. Mbega, umuntu w'umugarariji yibaza ko Tutazosubira kwegeranya amagufa yiwe inyuma yo gupfa! أَيَحْسَبُ ٱلْإِنسَٰنُ أَلَّن نَّجْمَعَ عِظَامَهُۥ ﴿٣﴾

4. Vyobuzwa n'iki! Twebwe Allah Tuzosubira kuyegeranya, ahubwo Turashoboye no kuringaniza intoke n'amakanda yazo nk'uko zari ziri imbere yo gupfa. بَلَىٰ قَٰدِرِينَ عَلَىٰٓ أَن نُّسَوِّيَ بَنَانَهُۥ ﴿٤﴾

5. Ahubwo rero, umuntu ahakana yivuye inyuma izuka ry'ibiremwa, ashaka ko yoguma mu vyaha; بَلْ يُرِيدُ ٱلْإِنسَٰنُ لِيَفْجُرَ أَمَامَهُۥ ﴿٥﴾

6. Maze akabaza atangara n'itebura n'akantu ati: "Mbega izuka ry'ibiremwa rizoshika ryari!". يَسْـَٔلُ أَيَّانَ يَوْمُ ٱلْقِيَٰمَةِ ﴿٦﴾

7. Igihe umugarariji yakanutse amaso ku bwoba bw'intureka z'uwo musi; فَإِذَا بَرِقَ ٱلْبَصَرُ ﴿٧﴾

8. Ukwezi kukazima, hakaba ubwirakabiri; وَخَسَفَ ٱلْقَمَرُ ﴿٨﴾

9. Izuba hamwe n'ukwezi bigashirwa hamwe, ntihasubire kuba ijoro n'umurango; وَجُمِعَ ٱلشَّمْسُ وَٱلْقَمَرُ ﴿٩﴾

10. Kuri uwo musi, umuntu azovuga ati: "Ubuhungiro bwo gukira ibihano buri hehe!". يَقُولُ ٱلْإِنسَٰنُ يَوْمَئِذٍ أَيْنَ ٱلْمَفَرُّ ﴿١٠﴾

11. Muntu! Eka teshwa ute, urahumba! Si nk'uko uvyipfuza, nta buhungiro, eka nta n'ubukiriro; كَلَّا لَا وَزَرَ ﴿١١﴾

12. Kuri uwo musi, amaherezo y'ibiremwa vyose n'ubutururo bwavyo, ni ku Mana yawe Rurema Allah. إِلَىٰ رَبِّكَ يَوْمَئِذٍ ٱلْمُسْتَقَرُّ ﴿١٢﴾

[1] Umutima winegura kenshi ku kudakora ibitegetswe, canke ku gukora ibibujijwe bizira, ni umutima w'umwemeramana.

13. Umuntu kuri uwo musi, azomenyeshwa ivyo yakoze vyose; ivyiza n'ibibi, n'ivyo yagizemwo uruhara bigakorwa yarapfuye.	يُنَبَّؤُا۟ ٱلْإِنسَٰنُ يَوْمَئِذٍۭ بِمَا قَدَّمَ وَأَخَّرَ ﴿١٣﴾
14. Ahubwo rero, burya umuntu wenyene ku gatwe kiwe, ni isura ku vyo yakoze n'ivyo atakoze;	بَلِ ٱلْإِنسَٰنُ عَلَىٰ نَفْسِهِۦ بَصِيرَةٌ ﴿١٤﴾
15. N'aho yotanga ivyireguzo yisigura ku vyaha yakoze, nta co bizomwungura.	وَلَوْ أَلْقَىٰ مَعَاذِيرَهُۥ ﴿١٥﴾
16. Ntumwa y'Imana! Ntugasubiremwo Qor'ani mu gihe co kuyihishurirwa, imbere yuko umumalayika Jibrili aheraheza, wihutira kuyifata neza ku mutwe ku mpungenge z'uko woyibagira.	لَا تُحَرِّكْ بِهِۦ لِسَانَكَ لِتَعْجَلَ بِهِۦٓ ﴿١٦﴾
17. Mu vy'ukuri ni Twebwe Allah, Tujejwe kuyitururuza mu mushaha wawe no kugushoboza kuyisoma ku mutwe.	إِنَّ عَلَيْنَا جَمْعَهُۥ وَقُرْءَانَهُۥ ﴿١٧﴾
18. Iyo Intumwa yacu Jibrili iyigusomeye rero, ba ukurikirana igisomwa ata kuyiciramwo.	فَإِذَا قَرَأْنَٰهُ فَٱتَّبِعْ قُرْءَانَهُۥ ﴿١٨﴾
19. Hanyuma mu vy'ukuri, ni Twebwe Allah Tujejwe kuyigusigurira.	ثُمَّ إِنَّ عَلَيْنَا بَيَانَهُۥ ﴿١٩﴾
20. Babangikanyamana! Teshwa mute, murahumba! Si nk'uko mwibaza ko ata zuka ry'ibiremwa rihari, ahubwo murakunda ivy'isi bisayangana mukarenza urugero;	كَلَّا بَلْ تُحِبُّونَ ٱلْعَاجِلَةَ ﴿٢٠﴾
21. Mukareka gukora ivyiza bizobafasha mu buzima bw'inyuma yo gupfa.	وَتَذَرُونَ ٱلْءَاخِرَةَ ﴿٢١﴾
22. Abemeramana kuri uwo musi, bazoba basayangana mu maso, akanyamuneza ku kandi kabasya;	وُجُوهٌ يَوْمَئِذٍ نَّاضِرَةٌ ﴿٢٢﴾
23. Baraba bitegereza Imana yabo Rurema Allah ukuri kwamye.	إِلَىٰ رَبِّهَا نَاظِرَةٌ ﴿٢٣﴾
24. Abanyavyaha na bo kuri uwo musi, bazoba bijiriwe mu maso, babihiwe;	وَوُجُوهٌ يَوْمَئِذٍۭ بَاسِرَةٌ ﴿٢٤﴾
25. Bazi neza ko bashikiwe n'ibihano vy'agacamugongo.	تَظُنُّ أَن يُفْعَلَ بِهَا فَاقِرَةٌ ﴿٢٥﴾
26. Nateshwe ate, arahumba mu gukunda ivy' isi! Igihe inkomoko y'ubuzima "Roho" yageze mu muhogo ari ku mpfiro;	كَلَّآ إِذَا بَلَغَتِ ٱلتَّرَاقِىَ ﴿٢٦﴾
27. Maze uwuri hafi, akabwirwa n'abari ng'aho ati: "Mbega yemwe, ni nde yomukiza!";	وَقِيلَ مَنْ ۜ رَاقٍ ﴿٢٧﴾
28. Uwuri ku mpfiro na we azoba yamaze kumenya neza na neza ko hageze gusezera isi;	وَظَنَّ أَنَّهُ ٱلْفِرَاقُ ﴿٢٨﴾
29. Maze intureka zo gusezera isi zigahura n'intureka zo gutangura ubuzima bw'inyuma yo gupfa, imirundi igafatana atera akagere ka nyuma.	وَٱلْتَفَّتِ ٱلسَّاقُ بِٱلسَّاقِ ﴿٢٩﴾
30. Kuri uwo musi w'izuka ry'ibiremwa rero, ibiremwa bizoshorerwa ku Mana yawe Rurema Allah[1].	إِلَىٰ رَبِّكَ يَوْمَئِذٍ ٱلْمَسَاقُ ﴿٣٠﴾

[1] Ibija mu Bwami bw'ijuru, biterwe iteka ryo kubwinjira; ibija mu muriro udahera na vyo nyene, biteterezwe mu kuwinjira.

31. Umugarariji, ntiyigeze yemera Intumwa na Qor'ani, eka ntiyigeze anasenga amasengesho-bwirizwa;	فَلَا صَدَّقَ وَلَا صَلَّىٰ ﴿٣١﴾
32. Ahubwo yarahakanye Qor'ani yivuye inyuma, yirengagiza n'ukwemera Intumwa;	وَلَٰكِن كَذَّبَ وَتَوَلَّىٰ ﴿٣٢﴾
33. Hanyuma agenda agana ku muryango wiwe n'amanyama n'ubwirasi n'akantu.	ثُمَّ ذَهَبَ إِلَىٰٓ أَهۡلِهِۦ يَتَمَطَّىٰٓ ﴿٣٣﴾
34. Muhakanyi! Uragahanwa n'Imana Allah! Uragahanwa n'Imana Allah!	أَوۡلَىٰ لَكَ فَأَوۡلَىٰ ﴿٣٤﴾
35. Hanyuma kandi, uragahanwa n'Imana Allah! Uragahanwa n'Imana Allah!	ثُمَّ أَوۡلَىٰ لَكَ فَأَوۡلَىٰٓ ﴿٣٥﴾
36. Mbega, umuhakanyi w'izuka ry'ibiremwa, yibaza ko azokwihozwa akarekwa uko ashaka, ntahabwe amabwirizwa ngo aheze abazwe ko yayubahirije!	أَيَحۡسَبُ ٱلۡإِنسَٰنُ أَن يُتۡرَكَ سُدًى ﴿٣٦﴾
37. Mbega, ntiyari ima ry'intanga ryakororewe mu gitereko!	أَلَمۡ يَكُ نُطۡفَةٗ مِّن مَّنِيّٖ يُمۡنَىٰ ﴿٣٧﴾
38. Hanyuma aba amaraso avuze, ni uko rero Imana Allah Iraheza Iramurema, Iraringaniza indemo yiwe n'ibihimba vyiwe; kimwe cose aho kigenewe, kibereye;	ثُمَّ كَانَ عَلَقَةٗ فَخَلَقَ فَسَوَّىٰ ﴿٣٨﴾
39. Hanyuma Imugiramwo ibitsina bibiri: igitsina-gabo canke igitsina-gore.	فَجَعَلَ مِنۡهُ ٱلزَّوۡجَيۡنِ ٱلذَّكَرَ وَٱلۡأُنثَىٰٓ ﴿٣٩﴾
40. Mbega Imana Allah Ishoboye gukora ivyo vyose, ntishoboye kuzura abapfuye, Ikabasubiza ubuzima!	أَلَيۡسَ ذَٰلِكَ بِقَٰدِرٍ عَلَىٰٓ أَن يُحۡۦِۧيَ ٱلۡمَوۡتَىٰ ﴿٤٠﴾

76. Al-Insaan (Umuntu)
Aayah 31, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Mu vy'ukuri, haraciye igihe kirekire ku muntu atarahuhirwamwo inkomoko y'ubuzima "Roho", ntiyari bwabe ikintu kivugwa.	هَلۡ أَتَىٰ عَلَى ٱلۡإِنسَٰنِ حِينٞ مِّنَ ٱلدَّهۡرِ لَمۡ يَكُن شَيۡـٔٗا مَّذۡكُورًا ﴿١﴾
2. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twaremye umuntu mu ntanga zivanze (iz'umugabo n'iz'umugore), kugira Tuzomugerageze mu kwubahiriza amabwirizwa, Turaheza Tumugira uwumva, abona, kugira azobazwe ku co yumvise no ku co yabonye.	إِنَّا خَلَقۡنَا ٱلۡإِنسَٰنَ مِن نُّطۡفَةٍ أَمۡشَاجٖ نَّبۡتَلِيهِ فَجَعَلۡنَٰهُ سَمِيعَۢا بَصِيرًا ﴿٢﴾
3. Mu vy'ukuri, Twaramumenyesheje Turanamutomorera inzira y'ubugororotsi n'iy'ubuhuvyi, iy'ivyiza n'iy'ibibi. Kubera ivyo rero, ashobora guhitamwo kwemera Imana Allah, agashima ivyiza Yamuhaye, canke akagarariza Iyamuremye, agahakana inema zayo.	إِنَّا هَدَيۡنَٰهُ ٱلسَّبِيلَ إِمَّا شَاكِرٗا وَإِمَّا كَفُورًا ﴿٣﴾
4. Mu vy'ukuri, Twarateguriye abagarariji amapingu bazoboheshwa ku maguru, hamwe n'iminyororo	إِنَّآ أَعۡتَدۡنَا لِلۡكَٰفِرِينَ سَلَٰسِلَا۠ وَأَغۡلَٰلٗا وَسَعِيرًا ﴿٤﴾

bazoboheshwa amaboko yabo mw'izosi, Twarabateguriye n'umuriro wama wegenyejwe.

5. Mu vy'ukuri aberanda bagamburukira Imana Allah, bazonywa mu Bwami bw'ijuru inzoga itaboreza ivanzwe na "Kaafuuri[1]".

إِنَّ ٱلْأَبْرَارَ يَشْرَبُونَ مِن كَأْسٍ كَانَ مِزَاجُهَا كَافُورًا ۝٥

6. Ivyo binyobwa, ni iriba riri mu Bwami bw'ijuru, aho abaja b'Imana Allah bicisha bugufi bazonywera, bazoricira inzira baritumbereze aho bashaka;

عَيْنًا يَشْرَبُ بِهَا عِبَادُ ٱللَّهِ يُفَجِّرُونَهَا تَفْجِيرًا ۝٦

7. Bakiri kw'isi rero, barubahiriza ivyo biyemeje "nadhri" bakabishira mu ngiro, bagatinya n'ibihano vyo ku musi, ivyago vyawo bizoba bihambaye, vyugarije hose;

يُوفُونَ بِٱلنَّذْرِ وَيَخَافُونَ يَوْمًا كَانَ شَرُّهُۥ مُسْتَطِيرًا ۝٧

8. Bakanafungurira n'umukene, impfuvyi n'imbohe, mu gihe na bo nyene bakunda izo mfungurwa kandi banazikeneye;

وَيُطْعِمُونَ ٱلطَّعَامَ عَلَىٰ حُبِّهِۦ مِسْكِينًا وَيَتِيمًا وَأَسِيرًا ۝٨

9. Mu mitima yabo bakavuga bati: "Ni ukuri, Tubafunguriye ku bw'Imana Allah turondera indishi zayo, ntitubaronderako namba impembo canke gushimwa;

إِنَّمَا نُطْعِمُكُمْ لِوَجْهِ ٱللَّهِ لَا نُرِيدُ مِنكُمْ جَزَآءً وَلَا شُكُورًا ۝٩

10. Mu vy'ukuri, dutinya ibihano bivuye ku Mana yacu Rurema Allah, umusi umuntu azokwijirirwa mu maso n'iminkanyari myinshi, kubera intureka z'akataraboneka".

إِنَّا نَخَافُ مِن رَّبِّنَا يَوْمًا عَبُوسًا قَمْطَرِيرًا ۝١٠

11. Abo rero, Imana Allah Izobakingira intureka z'ibihano vy'uwo musi, Yongere Ibasayanganishe mu maso, Ibahe n'akamwemwe ku kandi ku mutima;

فَوَقَىٰهُمُ ٱللَّهُ شَرَّ ذَٰلِكَ ٱلْيَوْمِ وَلَقَّىٰهُمْ نَضْرَةً وَسُرُورًا ۝١١

12. Imana Allah Izonabahembera ukuntu bihanganye kw'isi, Ibahe Ubwami bw'ijuru n'impuzu z'iharire yoroshe;

وَجَزَىٰهُم بِمَا صَبَرُوا۟ جَنَّةً وَحَرِيرًا ۝١٢

13. Bazoba bicaye ku bitanda vy'iteka bisharije, biteye igomwe, akayaga keza kabaca irya n'ino, ntibazokwumva ubushuhe bw'izuba canke igikonyozi vy'umurengera;

مُّتَّكِـِٔينَ فِيهَا عَلَى ٱلْأَرَآئِكِ ۖ لَا يَرَوْنَ فِيهَا شَمْسًا وَلَا زَمْهَرِيرًا ۝١٣

14. Bazoba bari mu gatutu k'ibiti vy'aho kari hafi, ivyamwa vya nya biti bizoba vyoroshe kwamura.

وَدَانِيَةً عَلَيْهِمْ ظِلَٰلُهَا وَذُلِّلَتْ قُطُوفُهَا تَذْلِيلًا ۝١٤

15. Bazohabwa n'abakozi bahahereza ku masahani no mu birahuri vy'umwakaka;

وَيُطَافُ عَلَيْهِم بِـَٔانِيَةٍ مِّن فِضَّةٍ وَأَكْوَابٍ كَانَتْ قَوَارِيرَا۠ ۝١٥

16. Ibirahuri vy'umwakaka bibonerana, birimwo ibinyobwa bipimwe neza ku rugero rw'inyota y'umunywi.

قَوَارِيرَا۠ مِن فِضَّةٍ قَدَّرُوهَا تَقْدِيرًا ۝١٦

17. Aho mu Bwami bw'ijuru, bazoherezwa inzoga itaboreza ivanzwe n'itangawizi.

وَيُسْقَوْنَ فِيهَا كَأْسًا كَانَ مِزَاجُهَا زَنجَبِيلًا ۝١٧

18. Yengeshejwe amazi y'akanovera y'iriba "Salsabiil", amanuka neza mu muhogo ata gakatsi.

عَيْنًا فِيهَا تُسَمَّىٰ سَلْسَبِيلًا ۝١٨

[1] Kaafuuri, ni umwambiro uzoha ibinyobwa akanovera n'akamoto keza.

19. Bazoba bakikijwe n'imisore myiza ibahereza, ikurakuranwa, iri mu runganwe rumwe, idasaza. Uyibonye, ku bwiza bwayo wogira ngo ni "lulu[1]" zisanzajwe mu Bwami bw'ijuru.

۞وَيَطُوفُ عَلَيۡهِمۡ وِلۡدَٰنٞ مُّخَلَّدُونَ إِذَا رَأَيۡتَهُمۡ حَسِبۡتَهُمۡ لُؤۡلُؤٗا مَّنثُورٗا ١٩

20. Aho ubonye hose muri nya Bwami, ubona inema z'akaroruhore n'ubwami bunini buhimbaye.

وَإِذَا رَأَيۡتَ ثَمَّ رَأَيۡتَ نَعِيمٗا وَمُلۡكٗا كَبِيرًا ٢٠

21. Bazoba bambaye impuzu z'iharire yoroshe y'urwatsi rubisi, baheze barenzeko n'izindi z'iharire iremereye, bazonaberwa mu kwambikwa imiringa y'umwakaka. Hamwe n'ivyo vyose rero, Imana yabo Rurema Allah, Izobaha ikinyobwa gisukuye, kitagira agakatsi;

عَٰلِيَهُمۡ ثِيَابُ سُندُسٍ خُضۡرٞ وَإِسۡتَبۡرَقٞۖ وَحُلُّوٓاْ أَسَاوِرَ مِن فِضَّةٖ وَسَقَىٰهُمۡ رَبُّهُمۡ شَرَابٗا طَهُورًا ٢١

22. Maze babwirwe bati: "Mu vy'ukuri, iyi ni yo mpembo yanyu, ibikorwa vyanyu vyarashimwe n'Imana Allah".

إِنَّ هَٰذَا كَانَ لَكُمۡ جَزَآءٗ وَكَانَ سَعۡيُكُم مَّشۡكُورًا ٢٢

23. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twaguhishuriye Qor'ani ibicebice, kugira wibutse ibiremwa, uheze uremeshe abemeramana, ugabishe n'abagarariji.

إِنَّا نَحۡنُ نَزَّلۡنَا عَلَيۡكَ ٱلۡقُرۡءَانَ تَنزِيلٗا ٢٣

24. Kubera ivyo rero, ihanganire ingingo y'Imana yawe Rurema Allah ku vyagezwe kuri wewe, uheze uyishime, maze ubandanye ushikirize ubutumwa bwayo, kandi ntukagamburukire umunyavyaha canke umugarariji n'umwe mu babangikanyamana.

فَٱصۡبِرۡ لِحُكۡمِ رَبِّكَ وَلَا تُطِعۡ مِنۡهُمۡ ءَاثِمًا أَوۡ كَفُورٗا ٢٤

25. Kandi wibuke kuguma uninahaza Imana yawe Rurema Allah no kuyisaba mu gitondo no ku mugoroba.

وَٱذۡكُرِ ٱسۡمَ رَبِّكَ بُكۡرَةٗ وَأَصِيلٗا ٢٥

26. Mw'ijoro naho, urubamira Imana Allah (usujudu), uheze usenge mu gicugu uyininahaza umwanya munini.

وَمِنَ ٱلَّيۡلِ فَٱسۡجُدۡ لَهُۥ وَسَبِّحۡهُ لَيۡلٗا طَوِيلًا ٢٦

27. Mu vy'ukuri, abo babangikanyamana bakunda ivy'isi, bakavyitwararika cane, bakareka kwitegurira umusi w'umuhero w'isi uremereye.

إِنَّ هَٰٓؤُلَآءِ يُحِبُّونَ ٱلۡعَاجِلَةَ وَيَذَرُونَ وَرَآءَهُمۡ يَوۡمٗا ثَقِيلٗا ٢٧

28. Mu vy'ukuri, ni Twebwe Allah Twabaremye, Turaheza Dukomeza ibihimba vy'imibiri yabo. Mu gihe rero Twoshaka, Twobarigita, Tukarema abandi nkabo bagamburukira Imana Allah kubarusha.

نَّحۡنُ خَلَقۡنَٰهُمۡ وَشَدَدۡنَآ أَسۡرَهُمۡۖ وَإِذَا شِئۡنَا بَدَّلۡنَآ أَمۡثَٰلَهُمۡ تَبۡدِيلًا ٢٨

29. Mu vy'ukuri iki gisomwa, ni urwibutso ku biremwa, uwoshaka ineza kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa rero, yogira ukwemera Imana Allah inzira imushikana ku mbabazi n'ishimwa vy'Imana yiwe Rurema Allah.

إِنَّ هَٰذِهِۦ تَذۡكِرَةٞۖ فَمَن شَآءَ ٱتَّخَذَ إِلَىٰ رَبِّهِۦ سَبِيلٗا ٢٩

[1] Lulu, ni ubwoko bw'ubutare bwiburungushuye, bucukurwa mw'ibahari, bukaba buboneka mu binyabuzima biba musi yaryo, bukagira amabara atandukanye; nk'ibara ryera, iryirabura, n'ayandi. Ni ubutare buzimvye cane.

30. Kanatsinda, nta co mwoshaka gushikako mu vyo mukora vyose ngo gishoboke, kiretse mu gihe Imana Allah Ibishatse. Mu vy'ukuri Imana Allah, Yamye ari Nyenubumenyikurivyose, Irazi umwe wese muri mwebwe kurusha, Intungane mu vyo Ikora.

وَمَا تَشَآءُونَ إِلَّآ أَن يَشَآءَ ٱللَّهُ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلِيمًا حَكِيمًا ﴿٣٠﴾

31. Ishira mu mpuhwe zayo uwo Ishaka mu baja bayo. Nayo abirenganije mu kurenga ku mabwirizwa yayo, Yarabateguriye ibihano bibabaza cane.

يُدْخِلُ مَن يَشَآءُ فِى رَحْمَتِهِۦ ۚ وَٱلظَّٰلِمِينَ أَعَدَّ لَهُمْ عَذَابًا أَلِيمًا ﴿٣١﴾

77. Al-Mursalaat (Umuyaga)
Aayah 50, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye ku miyaga y'urukurikirane!

وَٱلْمُرْسَلَٰتِ عُرْفًا ﴿١﴾

2. No ku miyaga y'igihuhusi!

فَٱلْعَٰصِفَٰتِ عَصْفًا ﴿٢﴾

3. No ku bamalayika bajejwe ikwiragiza ry'ibicu vy'imvura mu kirere!

وَٱلنَّٰشِرَٰتِ نَشْرًا ﴿٣﴾

4. No ku bamalayika bajana ijambo ry'Imana Allah ritandukanya ukuri n'ikinyoma, rigatandukanya ikirekuwe n'ikizira!

فَٱلْفَٰرِقَٰتِ فَرْقًا ﴿٤﴾

5. No ku bamalayika bashikiriza ubutumwa barungikanwe ku Ntumwa z'Imana Allah;

فَٱلْمُلْقِيَٰتِ ذِكْرًا ﴿٥﴾

6. Kugira ngo bakureho ivyitwazo ku bagarariji, babagabishe no ku bihano vy'Imana Allah!

عُذْرًا أَوْ نُذْرًا ﴿٦﴾

7. Mu vy'ukuri ibi vyose mwagabishijweko[1], nta nkeka ko bizoba ata gisivya.

إِنَّمَا تُوعَدُونَ لَوَٰقِعٌ ﴿٧﴾

8. Igihe inyenyeri zazimye, ntizisubire kwaka;

فَإِذَا ٱلنُّجُومُ طُمِسَتْ ﴿٨﴾

9. Igihe n'ijuru ryase imigaga;

وَإِذَا ٱلسَّمَآءُ فُرِجَتْ ﴿٩﴾

10. Igihe n'imisozi yanyitse;

وَإِذَا ٱلْجِبَالُ نُسِفَتْ ﴿١٠﴾

11. Igihe n'Intumwa z'Imana zahawe umwanya wo kwagiriza abo zarungitsweko;

وَإِذَا ٱلرُّسُلُ أُقِّتَتْ ﴿١١﴾

12. Ni ku musi uwuhe zirindirijweko kubagiriza?

لِأَىِّ يَوْمٍ أُجِّلَتْ ﴿١٢﴾

13. Ni ku musi w'ubutungane ku biremwa.

لِيَوْمِ ٱلْفَصْلِ ﴿١٣﴾

14. Mbega, ni igiki cokumenyesha uwo musi w'ubutungane uwo ari wo?

وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا يَوْمُ ٱلْفَصْلِ ﴿١٤﴾

15. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma umusi w'umuhero.

وَيْلٌ يَوْمَئِذٍ لِّلْمُكَذِّبِينَ ﴿١٥﴾

16. Mbega, ntitwahoneje abahakanyi b'aho hambere ku kubera igarariza ryabo ry'Intumwa!

أَلَمْ نُهْلِكِ ٱلْأَوَّلِينَ ﴿١٦﴾

[1] Mu vyerekeye izuka ry'ibiremwa, iharurirwa ryavyo, no ku vyerekeye impera y'umwe wese ku co yakoze. Ivyo vyose rero, nta nkeka ko bitegerezwa kuba.

17. Hanyuma Tubakurikiza abandi bakurikiye mu nyuma, bakagarariza nkabo!	ثُمَّ نُتۡبِعُهُمُ ٱلۡأٓخِرِينَ ﴿١٧﴾
18. Ni nk'ukwo nyene rero Twebwe Allah, Tuzogira inkozi z'ikibi mu babangikanyamana b'i Makka bahakanye Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).	كَذَٰلِكَ نَفۡعَلُ بِٱلۡمُجۡرِمِينَ ﴿١٨﴾
19. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma Imana Imwe Rudende Allah, Intumwa zayo, izuka ry'ibiremwa n'iharurirwa ryavyo.	وَيۡلٞ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ﴿١٩﴾
20. Mbega babangikanyamana! Twebwe Allah, ntitwabaremye mu mazi y'intanga agayitse!	أَلَمۡ نَخۡلُقكُّم مِّن مَّآءٖ مَّهِينٖ ﴿٢٠﴾
21. Hanyuma Tuyashira mu gitereko gikingiwe c'umugore!	فَجَعَلۡنَٰهُ فِي قَرَارٖ مَّكِينٍ ﴿٢١﴾
22. Gushika ku kiringo categekanijwe kizwi n'Imana Allah;	إِلَىٰ قَدَرٖ مَّعۡلُومٖ ﴿٢٢﴾
23. Turaheza Tuyatunganyamwo ikiremwa-muntu gikwiye. Emwe! Ni Twebwe Allah, Abeza bo gutunganya indemo kurusha.	فَقَدَرۡنَا فَنِعۡمَ ٱلۡقَٰدِرُونَ ﴿٢٣﴾
24. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma ubushobozi bw'Imana Allah bwo kurema no kuzura abapfuye.	وَيۡلٞ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ﴿٢٤﴾
25. Mbega Twebwe Allah, ntitwagize isi kuba iyegeranirizo!	أَلَمۡ نَجۡعَلِ ٱلۡأَرۡضَ كِفَاتًا ﴿٢٥﴾
26. Ry'abagihema bagendagenda kuri yo n'abasandavye bashingurwa muri yo!	أَحۡيَآءٗ وَأَمۡوَٰتٗا ﴿٢٦﴾
27. Tuyishirako n'imisozi ishimitse miremire kugira ngo iturure, Tubanywesha n'amazi meza y'umusarara!	وَجَعَلۡنَا فِيهَا رَوَٰسِيَ شَٰمِخَٰتٖ وَأَسۡقَيۡنَٰكُم مَّآءٗ فُرَاتٗا ﴿٢٧﴾
28. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma inema z'Imana Allah.	وَيۡلٞ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ﴿٢٨﴾
29. Abamalayika bacungereye umuriro wa Jahannamu, bazobwira abagarariji bati: "Nimugende muri vya bihano mwahora muhakana ko mutazohabwa;	ٱنطَلِقُوٓاْ إِلَىٰ مَا كُنتُم بِهِۦ تُكَذِّبُونَ ﴿٢٩﴾
30. Nimugende mu gitutu c'umuriro wa Jahannamu gifise imfuruka zitatu;	ٱنطَلِقُوٓاْ إِلَىٰ ظِلّٖ ذِي ثَلَٰثِ شُعَبٖ ﴿٣٠﴾
31. Si igitutu gikingira ubushuhe bw'uwo musi. Ntikizonabuza ko bababurwa n'urubeya rw'umuriro.	لَّا ظَلِيلٖ وَلَا يُغۡنِي مِنَ ٱللَّهَبِ ﴿٣١﴾
32. Mu vy'ukuri uwo muriro wa Jahannamu, ucira amasase angana n'igorofa amahanga.	إِنَّهَا تَرۡمِي بِشَرَرٖ كَٱلۡقَصۡرِ ﴿٣٢﴾
33. Isase rimwe riva muri wo, riguruka rimeze nk'ingamiya z'ibara ryirabura rija gusa n'umuhondo.	كَأَنَّهُۥ جِمَٰلَتٞ صُفۡرٞ ﴿٣٣﴾
34. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma umusi w'izuka ry'ibiremwa n'intureka zawo.	وَيۡلٞ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ﴿٣٤﴾
35. Uwo musi w'izuka, ni umusi abahakanyi batazoronka ico bavuga cobungura.	هَٰذَا يَوۡمُ لَا يَنطِقُونَ ﴿٣٥﴾

36. Nta n'uburenganzira bazohabwa bwo kuvuga ngo biregure kuko batazoronka ico bireguza.	وَلَا يُؤۡذَنُ لَهُمۡ فَيَعۡتَذِرُونَ ٣٦
37. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma ibizoshika ku musi w'umuhero.	وَيۡلٌ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ٣٧
38. Uwo musi, ni umusi wo gutandukanya ukuri n'ikinyoma, Twabakoranije mwebwe abagarariji mu bantu barungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe n'abagarariji b'aho hambere.	هَٰذَا يَوۡمُ ٱلۡفَصۡلِۖ جَمَعۡنَٰكُمۡ وَٱلۡأَوَّلِينَ ٣٨
39. Nimwaba rero mufise uburyo bwo kwigobotora mu bihano, nimubukoreshe muheze mukire ibihano vy'Imana Allah.	فَإِن كَانَ لَكُمۡ كَيۡدٞ فَكِيدُونِ ٣٩
40. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma Imana Allah, Intumwa, Ibitabu vyayo n'umusi w'imperuka.	وَيۡلٞ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ٤٠
41. Mu vy'ukuri, abagamburukiramana batinya ibihano vy'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo bakiri kw'isi, bazoba bari mu gatutu k'ibiti vy'ivyamwa katigera karenga, ahari n'inzuzi zitemba;	إِنَّ ٱلۡمُتَّقِينَ فِي ظِلَٰلٖ وَعُيُونٖ ٤١
42. N'ivyamwa bitandukanye mu vyo bipfuza;	وَفَوَٰكِهَ مِمَّا يَشۡتَهُونَ ٤٢
43. Bazobwirwa n'Imana Allah bati: "Nimufungure mwongere munywe n'akayabagu kenshi, ku vyiza mwari mwarakoze kw'isi.	كُلُواْ وَٱشۡرَبُواْ هَنِيٓـَٔۢا بِمَا كُنتُمۡ تَعۡمَلُونَ ٤٣
44. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, ukwo ni ko Duhemba abagwaneza".	إِنَّا كَذَٰلِكَ نَجۡزِي ٱلۡمُحۡسِنِينَ ٤٤
45. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma umusi w'impera n'iharurirwa ry'ibiremwa.	وَيۡلٞ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ٤٥
46. Abahakanyi na bo bazoheza babwirwe bakiri kw'isi bati: "Nimufungure, muryoherwe akanya gato. Mu vy'ukuri, mwebwe muri inkozi z'ikibi".	كُلُواْ وَتَمَتَّعُواْ قَلِيلًا إِنَّكُم مُّجۡرِمُونَ ٤٦
47. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma Imana Allah.	وَيۡلٞ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ٤٧
48. Iyo babwiwe bati: "Enda rero nyabuna nimusenge mwunamire Imana Allah, ntibasenga ngo bayunamire".	وَإِذَا قِيلَ لَهُمُ ٱرۡكَعُواْ لَا يَرۡكَعُونَ ٤٨
49. Ibihano nya bihano kuri uwo musi, ni ivy'abahakana bivuye inyuma Qor'ani n'amabwirizwa y'Imana Allah.	وَيۡلٞ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ٤٩
50. Batemeye Qor'ani ntagatifu, ni ikihe gitabu inyuma ya Qor'ani bokwemera!	فَبِأَيِّ حَدِيثِۭ بَعۡدَهُۥ يُؤۡمِنُونَ ٥٠

78. An-Naba-i (Inkuru ihambaye)
Aayah 40, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Ababangikanyamana, babazanya ku nkuru nyabaki?	عَمَّ يَتَسَآءَلُونَ ﴿١﴾
2. Babazanya ku nkuru ihambaye y'umusi w'izuka ry'ibiremwa, ivugwa muri Qor'ani ntagatifu;	عَنِ ٱلنَّبَإِ ٱلْعَظِيمِ ﴿٢﴾
3. Ari yo badahurizako bigatuma bayihakana bivuye inyuma.	ٱلَّذِى هُمْ فِيهِ مُخْتَلِفُونَ ﴿٣﴾
4. Nibateshwe bate, barahumba! Bitebe bitebuke, bazomenya ukuri kw'iyo nkuru igihe babonye inkurikizi z'igarariza ryabo ku musi w'izuka.	كَلَّا سَيَعْلَمُونَ ﴿٤﴾
5. Eka, nibateshwe bate, barahumba! Kandi nibageze aho uguhakana! Bitebe bitebuke, bazomenya ukuri kwa Qor'ani n'ukw'izuka rivugwa muri yo.	ثُمَّ كَلَّا سَيَعْلَمُونَ ﴿٥﴾
6. Mbega Twebwe Allah, ntitwagize isi nk'isaso!	أَلَمْ نَجْعَلِ ٱلْأَرْضَ مِهَٰدًا ﴿٦﴾
7. Tugira n'imisozi nk'imambo ziyigumya!	وَٱلْجِبَالَ أَوْتَادًا ﴿٧﴾
8. Tubaremamwo imigwi ibiri; igitsina-gabo n'igitsina-gore!	وَخَلَقْنَٰكُمْ أَزْوَٰجًا ﴿٨﴾
9. Tugira n'itiro ryanyu kuba uburuhuro bw'umubiri n'umutima!	وَجَعَلْنَا نَوْمَكُمْ سُبَاتًا ﴿٩﴾
10. Tugira n'ijoro kuba nk'impuzu ipfuka umubiri, iyo umwijima waryo ubanyegeje!	وَجَعَلْنَا ٱلَّيْلَ لِبَاسًا ﴿١٠﴾
11. Tugira n'umurango kuba umwanya wo kurondera ikibabeshaho!	وَجَعَلْنَا ٱلنَّهَارَ مَعَاشًا ﴿١١﴾
12. Twubaka n'amajuru indwi akomakomeye mu kirere hejuru yanyu!	وَبَنَيْنَا فَوْقَكُمْ سَبْعًا شِدَادًا ﴿١٢﴾
13. Tugira n'izuba riba nk'itara ribasusurutsa!	وَجَعَلْنَا سِرَاجًا وَهَّاجًا ﴿١٣﴾
14. Tumanura n'amazi menshi y'imvura ava mu bicu;	وَأَنزَلْنَا مِنَ ٱلْمُعْصِرَٰتِ مَآءً ثَجَّاجًا ﴿١٤﴾
15. Kugira Tuyanagishe imbuto zifungurwa n'abantu, n'ivyatsi birishwa n'ibikoko;	لِّنُخْرِجَ بِهِۦ حَبًّا وَنَبَاتًا ﴿١٥﴾
16. N'amashamba atotahaye, arimwo ibiti vy'amashami azitanye.	وَجَنَّٰتٍ أَلْفَافًا ﴿١٦﴾
17. Mu vy'ukuri, umusi w'izuka wo gutunganiriza ibiremwa urafise isango ntarengwa;	إِنَّ يَوْمَ ٱلْفَصْلِ كَانَ مِيقَٰتًا ﴿١٧﴾
18. Ni umusi hazovuzwa inzamba igira kabiri, mugaca muzuka mu migwimigwi[1];	يَوْمَ يُنفَخُ فِى ٱلصُّورِ فَتَأْتُونَ أَفْوَاجًا ﴿١٨﴾
19. Amajuru na yo akugururwa, akagira imiryango myinshi;	وَفُتِحَتِ ٱلسَّمَآءُ فَكَانَتْ أَبْوَٰبًا ﴿١٩﴾

[1] Umugwi wose w'abantu, uzoza uri kumwe n'indongozi yawo mu Ntumwa.

20. Imisozi na yo igakurwaho, ikaba icirungu[1].	وَسُيِّرَتِ ٱلْجِبَالُ فَكَانَتْ سَرَابًا ﴿٢٠﴾
21. Mu vy'ukuri umuriro wa Jahannamu kuri uwo musi, ni uburerekero bw'abahakanyi;	إِنَّ جَهَنَّمَ كَانَتْ مِرْصَادًا ﴿٢١﴾
22. Ku barenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, ni bwo buruhukiro bwabo;	لِّلطَّٰغِينَ مَـَٔابًا ﴿٢٢﴾
23. Bazowubamwo ibihe n'ibihe bidahera.	لَّٰبِثِينَ فِيهَآ أَحْقَابًا ﴿٢٣﴾
24. Nta mbeho bazokwumvamwo ngo basame akayaga, eka nta n'ikinyobwa bazohabwa ngo bice inyota;	لَّا يَذُوقُونَ فِيهَا بَرْدًا وَلَا شَرَابًا ﴿٢٤﴾
25. Atari amazi yasebuye akaryimara, urwuya hamwe n'amashira bitemba biva mu mibiri y'abantu bo mu muriro udahera.	إِلَّا حَمِيمًا وَغَسَّاقًا ﴿٢٥﴾
26. Iyo, ni yo mpembo ikwiranye n'ivyo bakoze.	جَزَآءً وِفَاقًا ﴿٢٦﴾
27. Mu vy'ukuri, ntibigeze batinya umusi w'iharurirwa ngo bawitegurire;	إِنَّهُمْ كَانُوا۟ لَا يَرْجُونَ حِسَابًا ﴿٢٧﴾
28. Baraheza barahakana bivuye inyuma Aayah zacu Twebwe Allah, Twarungikanye Intumwa.	وَكَذَّبُوا۟ بِـَٔايَـٰتِنَا كِذَّابًا ﴿٢٨﴾
29. Ibintu vyose rero, Twarabibungabunze mu kuvyandika mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo "Lawhu Mahfuudhw".	وَكُلَّ شَىْءٍ أَحْصَيْنَـٰهُ كِتَـٰبًا ﴿٢٩﴾
30. Kubera ivyo rero bagarariji, nimwumvirize indishi y'ivyo mwakoze. Nta n'ico Tuzobongererako atari ibihano ku bindi.	فَذُوقُوا۟ فَلَن نَّزِيدَكُمْ إِلَّا عَذَابًا ﴿٣٠﴾
31. Mu vy'ukuri, abatinya ibihano vy'Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo, bazoronka intsinzi y'Ubwami bw'ijuru;	إِنَّ لِلْمُتَّقِينَ مَفَازًا ﴿٣١﴾
32. Bazoronkamwo imirima itotahaye hamwe n'imizabibu;	حَدَآئِقَ وَأَعْنَـٰبًا ﴿٣٢﴾
33. N'inkumi zigishinze amabere, ziri mu runganwe rumwe;	وَكَوَاعِبَ أَتْرَابًا ﴿٣٣﴾
34. N'ibirahuri vyuzuye inzoga zitaboreza.	وَكَأْسًا دِهَاقًا ﴿٣٤﴾
35. Muri ubwo Bwami bw'ijuru, ntibazokwigera bumvamwo amajambo y'imburakimazi, eka ntibazonabeshuzanya.	لَّا يَسْمَعُونَ فِيهَا لَغْوًا وَلَا كِذَّٰبًا ﴿٣٥﴾
36. Ivyo vyose rero, ni impembo ivuye ku Mana yawe Rurema Allah, impembo ikwiye ibereye;	جَزَآءً مِّن رَّبِّكَ عَطَآءً حِسَابًا ﴿٣٦﴾
37. Ni impembo ivuye ku Mana Allah, Mubungabunzi w'amajuru n'isi hamwe n'ibiri hagati yavyo, Nyenimpuhwe ku biremwa. Ntibazoshobora kugira ico bayibajije, kiretse ku vyo Itanzeko uburenganzira;	رَّبِّ ٱلسَّمَـٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَمَا بَيْنَهُمَا ٱلرَّحْمَـٰنِ ۖ لَا يَمْلِكُونَ مِنْهُ خِطَابًا ﴿٣٧﴾

[1] Icirungu, ni kurya kuntu ubona ibuheramaso nk'uko hoba hari amazi, ariko wamara kuhagera ntuhasange nya mazi.

يَوْمَ يَقُومُ ٱلرُّوحُ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةُ صَفًّا ۖ لَّا يَتَكَلَّمُونَ إِلَّا مَنْ أَذِنَ لَهُ ٱلرَّحْمَٰنُ وَقَالَ صَوَابًا ﴿٣٨﴾

38. Ku musi Mutimamweranda Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah) hamwe n'abandi bamalayika bazotonda ku murongo, nta n'umwe bazovugira, kiretse uwuzohabwa na Nyenimpuhwe Allah uburenganzira bwo kuvugirwa, agaheza akavuga ibitomoye.

ذَٰلِكَ ٱلْيَوْمُ ٱلْحَقُّ ۖ فَمَن شَآءَ ٱتَّخَذَ إِلَىٰ رَبِّهِۦ مَـَٔابًا ﴿٣٩﴾

39. Uwo ni wo musi w'ukuri, ata makenga ko uzoshika. Uwushaka gukira intureka zawo rero, nakurikire inzira y'ibikorwa vyiza, imushikana ku Mana yiwe Rurema Allah.

إِنَّآ أَنذَرْنَٰكُمْ عَذَابًا قَرِيبًا يَوْمَ يَنظُرُ ٱلْمَرْءُ مَا قَدَّمَتْ يَدَاهُ وَيَقُولُ ٱلْكَافِرُ يَٰلَيْتَنِى كُنتُ تُرَٰبًۢا ﴿٤٠﴾

40. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twarabagabishije ku bihano biri hafi gushika. Umusi umuntu azobona ivyakozwe n'amaboko yiwe, vyaba ivyiza canke ibibi, maze umugarariji agashoka avuga ati: "Yoo! Amagorwa arama yemwe! Iyo nari gupfuma nibera ivu, simpeze ngo nzuke".

79. An-Naazi'aat (Abamalayika bashikura imitima)
Aayah 46, Makka

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

وَٱلنَّٰزِعَٰتِ غَرْقًا ﴿١﴾

1. Jewe Allah, Ndarahiye ku bamalayika bashikurana inguvu inkomoko y'ubuzima "Roho" mu mitima y'abagarariji!

وَٱلنَّٰشِطَٰتِ نَشْطًا ﴿٢﴾

2. No ku bamalayika bakuramwo bukebuke mu bwitonzi inkomoko y'ubuzima "Roho" mu mitima y'abemeramana!

وَٱلسَّٰبِحَٰتِ سَبْحًا ﴿٣﴾

3. No ku bamalayika baguruka mu kirere banyaruka, bagana mw'ijuru canke bavayo!

فَٱلسَّٰبِقَٰتِ سَبْقًا ﴿٤﴾

4. No ku bamalayika banyaragasa mu gushira mu ngiro amabwirizwa y'Imana Allah!

فَٱلْمُدَبِّرَٰتِ أَمْرًا ﴿٥﴾

5. No ku bamalayika batunganya mu bukerebutsi nta ngere, ivyo bategetswe gushira mu ngiro kw'isi!

يَوْمَ تَرْجُفُ ٱلرَّاجِفَةُ ﴿٦﴾

6. Nta nkeka rero ko muzozurwa mugaharurirwa, umusi isi n'imisozi bizonyiganyiga cane havugijwe inzamba ya mbere yo guhonya ibiremwa;

تَتْبَعُهَا ٱلرَّادِفَةُ ﴿٧﴾

7. Hace hakurikira ivuzwa rya kabiri ry'inzamba y'izuka.

قُلُوبٌ يَوْمَئِذٍ وَاجِفَةٌ ﴿٨﴾

8. Kuri uwo musi rero, imitima y'abagarariji izohinda agashitsi, yugarijwe n'ubwoba n'akantu.

أَبْصَٰرُهَا خَٰشِعَةٌ ﴿٩﴾

9. Bazoba bijiriwe mu maso, bajumarariwe;

يَقُولُونَ أَءِنَّا لَمَرْدُودُونَ فِى ٱلْحَافِرَةِ ﴿١٠﴾

10. Abahakana bivuye inyuma izuka ry'ibiremwa, bavuga batebura n'akantu bati: "Mbega, ni ivy'ukuri, tuzosubizwa ubuzima inyuma yo gupfa nk'uko twahora kw'isi!

أَءِذَا كُنَّا عِظَٰمًا نَّخِرَةً ﴿١١﴾

11. Ubu nitwaba amagufa yabunzwe, tuzozuka koko!".

قَالُوا۟ تِلْكَ إِذًا كَرَّةٌ خَاسِرَةٌ ﴿١٢﴾

12. Bazoheza bavuge bihebura bati: "Emwe! Iryo garuka ryacu rero, ni ryaba ari iry'ukuri, rizoba ari iry'agahombo".

13. Mu vy'ukuri, rizoba ivuzwa rimwe gusa ry'inzamba ya kabiri;	فَإِنَّمَا هِيَ زَجۡرَةٞ وَٰحِدَةٞ ١٣
14. Maze bace bisanga ari bazima ku mugongo w'isi.	فَإِذَا هُم بِٱلسَّاهِرَةِ ١٤
15. Ntumwa y'Imana! Mbega, warashikiriwe n'inkuru ya Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah)!	هَلۡ أَتَىٰكَ حَدِيثُ مُوسَىٰٓ ١٥
16. Igihe Imana yiwe Rurema Allah Yamuhamagara ari mu kabande gatagatifu "Twuwa", hambavu y'umusozi Sinayi.	إِذۡ نَادَىٰهُ رَبُّهُۥ بِٱلۡوَادِ ٱلۡمُقَدَّسِ طُوٗى ١٦
17. Maze Imubwira Iti: "Genda kwa Firawuni, mu vy'ukuri yarimonogoje mu buhakanyi;	ٱذۡهَبۡ إِلَىٰ فِرۡعَوۡنَ إِنَّهُۥ طَغَىٰ ١٧
18. Uheze umubwire uti: "Ubwo ntiwokwiyeza, ukemera Imana Imwe Rudende Allah!	فَقُلۡ هَل لَّكَ إِلَىٰٓ أَن تَزَكَّىٰ ١٨
19. Maze nkakurongora mu nzira y'Imana yawe Rurema Allah, ugaheza ukayigamburukira"".	وَأَهۡدِيَكَ إِلَىٰ رَبِّكَ فَتَخۡشَىٰ ١٩
20. Ni ho rero Musa yereka Firawuni igitangaro gihambaye co guhindura inkoni inzoka.	فَأَرَىٰهُ ٱلۡأٓيَةَ ٱلۡكُبۡرَىٰ ٢٠
21. Firawuni ashoka ahakana yivuye inyuma Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), aranagabitanya ku Mana Allah.	فَكَذَّبَ وَعَصَىٰ ٢١
22. Hanyuma agenza umugongo yirengagiza ukwemera, abandanya ubwononyi bwo guhakana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah).	ثُمَّ أَدۡبَرَ يَسۡعَىٰ ٢٢
23. Ni ho Firawuni yakoranya abantu, arasemerera;	فَحَشَرَ فَنَادَىٰ ٢٣
24. Avuga ati: "Ni jewe imana yanyu iri hejuru ya vyose".	فَقَالَ أَنَا۠ رَبُّكُمُ ٱلۡأَعۡلَىٰ ٢٤
25. Maze Imana Allah Ica Iramwihora, Imuha ibihano vy'akarorero mu buzima bwo kw'isi, Ikazomuha n'ibihano vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa.	فَأَخَذَهُ ٱللَّهُ نَكَالَ ٱلۡأٓخِرَةِ وَٱلۡأُولَىٰٓ ٢٥
26. Mu vy'ukuri inyifato ya Firawuni n'ivyamushikiye, harimwo inkebuzo ku bantu batinya ibihano vy'Imana Allah.	إِنَّ فِي ذَٰلِكَ لَعِبۡرَةٗ لِّمَن يَخۡشَىٰٓ ٢٦
27. Mbega bantu! Izurwa ryanyu, ni ryo ryoba rigoye cane kurusha; canke ukurema ijuru, Imana Allah Yubatse hejuru yanyu, ni co kigoye!	ءَأَنتُمۡ أَشَدُّ خَلۡقًا أَمِ ٱلسَّمَآءُۚ بَنَىٰهَا ٢٧
28. Yahanitse ikirere caryo, Iraheza Irariringaniza.	رَفَعَ سَمۡكَهَا فَسَوَّىٰهَا ٢٨
29. Igira ijoro ryaryo umwijima iyo izuba rirenze, Ikabonesha umurango waryo iyo riserutse.	وَأَغۡطَشَ لَيۡلَهَا وَأَخۡرَجَ ضُحَىٰهَا ٢٩
30. Inyuma y'ivyo, Yagura isi Irayisasa, Iyishiramwo ibintu vyose nkenerwa.	وَٱلۡأَرۡضَ بَعۡدَ ذَٰلِكَ دَحَىٰهَآ ٣٠
31. Iraserura amariba y'amazi yayo, Imeza n'uburagiro bw'ibitungwa.	أَخۡرَجَ مِنۡهَا مَآءَهَا وَمَرۡعَىٰهَا ٣١
32. Imisozi na yo Irayishinga;	وَٱلۡجِبَالَ أَرۡسَىٰهَا ٣٢

33. Ivyo vyose Yabibaremeye, kugira muryoherwe mwebwe n'ibitungwa vyanyu[1], muvyikoreko. مَتَٰعًا لَّكُمْ وَلِأَنْعَٰمِكُمْ ﴿٣٣﴾

34. Igihe haje rero ikiza nya kiza c'umusi w'izuka; فَإِذَا جَآءَتِ ٱلطَّآمَّةُ ٱلْكُبْرَىٰ ﴿٣٤﴾

35. Umusi umuntu azokwerekwa ivyo yakoze, aheze avyibuke, anavyemange; يَوْمَ يَتَذَكَّرُ ٱلْإِنسَٰنُ مَا سَعَىٰ ﴿٣٥﴾

36. Umuriro ururumba ugashirwa ahabona; وَبُرِّزَتِ ٱلْجَحِيمُ لِمَن يَرَىٰ ﴿٣٦﴾

37. Uwo wese rero, yimonogoje mu buhakanyi; فَأَمَّا مَن طَغَىٰ ﴿٣٧﴾

38. Agahitamwo ubuzima bwo kw'isi, akirengagiza ubuzima bw'inyuma yo gupfa; وَءَاثَرَ ٱلْحَيَوٰةَ ٱلدُّنْيَا ﴿٣٨﴾

39. Mu vy'ukuri, umuriro ururumba wa Jahannamu, ni bwo bushikiro bwiwe. فَإِنَّ ٱلْجَحِيمَ هِىَ ٱلْمَأْوَىٰ ﴿٣٩﴾

40. Nayo uwitwararitse kurengutswa imbere y'Imana yiwe Rurema Allah, akanareka gukora ivyo umutima wiwe wipfuza; وَأَمَّا مَنْ خَافَ مَقَامَ رَبِّهِۦ وَنَهَى ٱلنَّفْسَ عَنِ ٱلْهَوَىٰ ﴿٤٠﴾

41. Mu vy'ukuri, Ubwami bw'ijuru ni ryo cumbi ryiwe. فَإِنَّ ٱلْجَنَّةَ هِىَ ٱلْمَأْوَىٰ ﴿٤١﴾

42. Ntumwa y'Imana! Ababangikanyamana barakubaza igihe umuhero w'isi uzoberako! يَسْـَٔلُونَكَ عَنِ ٱلسَّاعَةِ أَيَّانَ مُرْسَىٰهَا ﴿٤٢﴾

43. Wewe, nta bumenyi bw'igihe uzoberako ufise. فِيمَ أَنتَ مِن ذِكْرَىٰهَآ ﴿٤٣﴾

44. Ubumenyi bwawo buri ku Mana yawe Rurema Allah. إِلَىٰ رَبِّكَ مُنتَهَىٰهَآ ﴿٤٤﴾

45. Wewe gusa, uri umugabisha w'uwutinya akitegurira uwo musi w'umuhero. إِنَّمَآ أَنتَ مُنذِرُ مَن يَخْشَىٰهَا ﴿٤٥﴾

46. Umusi bazowubona, bazomera nk'aho batigeze baba kw'isi, kiretse igihe kingana n'umuhingamo[2] canke umusase gusa[3]. كَأَنَّهُمْ يَوْمَ يَرَوْنَهَا لَمْ يَلْبَثُوٓا۟ إِلَّا عَشِيَّةً أَوْ ضُحَىٰهَا ﴿٤٦﴾

80. Abas (Uwanyinyiriwe)
Aayah 42, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaranyinyiriwe mu maso, irirengagiza; عَبَسَ وَتَوَلَّىٰٓ ﴿١﴾

2. Bivuye ku kuza kw'impumyi Abdullaahi mwene Ummu Maktuum yaje iyigana ngo iyibaze[4]. أَن جَآءَهُ ٱلْأَعْمَىٰ ﴿٢﴾

3. Ntumwa y'Imana! Ni igiki cogutuma umenya ukuri kw'ikimuzanye, kumbure hari n'aho yokwiyeza! وَمَا يُدْرِيكَ لَعَلَّهُۥ يَزَّكَّىٰٓ ﴿٣﴾

4. Canke ikibuka, ukwo kwibuka kukayungura. أَوْ يَذَّكَّرُ فَتَنفَعَهُ ٱلذِّكْرَىٰٓ ﴿٤﴾

[2] Izurwa ryanyu rero, rizoba ryoroshe cane ku Mana Allah gusumba irema ry'ivyo vyose Yaremye.
[2] Igice c'umusi, kuva izuba rihengamiye mu burengero gushika rirenze.
[3] Igice c'umusi, kuva izuba riserutse gushika ku mutaga.
[4] Ico gihe, Intumwa yariko irararikira abatware b'Abakorayishi kwinjira mu bwislamu.

5. Nayo uwibona ko yikenuye, ntashake kwumvira Imana Allah;	أَمَّا مَنِ ٱسْتَغْنَىٰ ﴿٥﴾
6. Ni we witwararitse kwumviriza!	فَأَنتَ لَهُۥ تَصَدَّىٰ ﴿٦﴾
7. Kandi nta mwikomo kuri wewe mu gihe atokwiyeza.	وَمَا عَلَيْكَ أَلَّا يَزَّكَّىٰ ﴿٧﴾
8. Nayo uwuje akugana n'umwitwarariko nta ngere, akaza anyaragasa;	وَأَمَّا مَن جَآءَكَ يَسْعَىٰ ﴿٨﴾
9. Kandi anatinya ibihano vy'Imana Allah, ashaka ubugororotsi;	وَهُوَ يَخْشَىٰ ﴿٩﴾
10. Ni we utitayeho ngo umwumvirize.	فَأَنتَ عَنْهُ تَلَهَّىٰ ﴿١٠﴾
11. Si ukwo namba Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri iki gisomwa ca Qor'ani, ni urwibutso kuri wewe no ku bandi bose.	كَلَّآ إِنَّهَا تَذْكِرَةٌ ﴿١١﴾
12. Uwushaka rero aribuka Imana Allah akurikire Qor'ani ntagatifu;	فَمَن شَآءَ ذَكَرَهُۥ ﴿١٢﴾
13. Iri ku mpapuro zubahitse;	فِى صُحُفٍ مُّكَرَّمَةٍ ﴿١٣﴾
14. Zubashwe, zisukuye, zitagira akanenge;	مَّرْفُوعَةٍ مُّطَهَّرَةٍ ﴿١٤﴾
15. Zanditswe n'iminwe y'abanditsi bahishurira Intumwa amajambo y'Imana Allah;	بِأَيْدِى سَفَرَةٍ ﴿١٥﴾
16. Abamalayika batagatifu, beranda.	كِرَامٍۭ بَرَرَةٍ ﴿١٦﴾
17. Umuntu w'umugarariji yaravumwe; mbega yafashwe n'iki gituma yimonogoza mu kugarariza!	قُتِلَ ٱلْإِنسَٰنُ مَآ أَكْفَرَهُۥ ﴿١٧﴾
18. Mbega, ntabona ico Imana Allah Yamuremyemwo!	مِنْ أَىِّ شَىْءٍ خَلَقَهُۥ ﴿١٨﴾
19. Yamuremye mw'ima ry'intanga, Iraheza Iramutegekaniriza ubuzima bwiwe;	مِن نُّطْفَةٍ خَلَقَهُۥ فَقَدَّرَهُۥ ﴿١٩﴾
20. Hanyuma Imutomorera inzira y'iciza n'iy'ikibi;	ثُمَّ ٱلسَّبِيلَ يَسَّرَهُۥ ﴿٢٠﴾
21. Iraheza Iramwica, Iramushingura mu cubahiro;	ثُمَّ أَمَاتَهُۥ فَأَقْبَرَهُۥ ﴿٢١﴾
22. Hanyuma igihe Yabishatse, Izomuzura, Imusubize ubuzima, kugira Imuharurire Inamuhembere ivyo yakoze.	ثُمَّ إِذَا شَآءَ أَنشَرَهُۥ ﴿٢٢﴾
23. Nateshwe ate, arahumba! Ntarakora ivyo Imana yiwe Rurema Yamutegetse mu mabwirizwa.	كَلَّا لَمَّا يَقْضِ مَآ أَمَرَهُۥ ﴿٢٣﴾
24. Maze umuntu nabanze yitegereze ukuntu Twaremye imfungurwa zimubeshejeho.	فَلْيَنظُرِ ٱلْإِنسَٰنُ إِلَىٰ طَعَامِهِۦٓ ﴿٢٤﴾
25. Si ivy'imbeshere, Twebwe Allah Twarasukiriye amazi y'imvura kw'isi;	أَنَّا صَبَبْنَا ٱلْمَآءَ صَبًّا ﴿٢٥﴾
26. Hanyuma Twatura isi imigaga ibiterwa bitanguye kugonda;	ثُمَّ شَقَقْنَا ٱلْأَرْضَ شَقًّا ﴿٢٦﴾
27. Maze Tuyinagishako intete;	فَأَنۢبَتْنَا فِيهَا حَبًّا ﴿٢٧﴾
28. Imizabibu n'ivyatsi vy'ibitungwa;	وَعِنَبًا وَقَضْبًا ﴿٢٨﴾

29. Imizayituni n'itende;	وَزَيْتُونًا وَنَخْلًا ﴿٢٩﴾
30. Amashamba atotahaye azitanye;	وَحَدَآئِقَ غُلْبًا ﴿٣٠﴾
31. Ibiti vy'ivyamwa bitandukanye hamwe n'uburagiriro;	وَفَٰكِهَةً وَأَبًّا ﴿٣١﴾
32. Twaremye ivyo vyose, kugira muryoherwe, mwebwe n'ibitungwa vyanyu, muvyikoreko.	مَّتَٰعًا لَّكُمْ وَلِأَنْعَٰمِكُمْ ﴿٣٢﴾
33. Igihe rero humvikanye ijwi nziba-matwi ry'inzamba yo kuzuka;	فَإِذَا جَآءَتِ ٱلصَّآخَّةُ ﴿٣٣﴾
34. Umusi umuntu azohunga mwenewabo kubera intureka;	يَوْمَ يَفِرُّ ٱلْمَرْءُ مِنْ أَخِيهِ ﴿٣٤﴾
35. Akanahunga nyina wiwe, na se wiwe;	وَأُمِّهِۦ وَأَبِيهِ ﴿٣٥﴾
36. Umugore wiwe, n'ibibondo vyiwe;	وَصَٰحِبَتِهِۦ وَبَنِيهِ ﴿٣٦﴾
37. Umuntu wese, kuri uwo musi azoba arajwe ishinga n'ibimuhanze ku gatwe kiwe.	لِكُلِّ ٱمْرِئٍ مِّنْهُمْ يَوْمَئِذٍ شَأْنٌ يُغْنِيهِ ﴿٣٧﴾
38. Uwo musi, abemeramana bazosayangana mu maso;	وُجُوهٌ يَوْمَئِذٍ مُّسْفِرَةٌ ﴿٣٨﴾
39. Batwengatwenga, akanyamuneza nta ngere kabasya.	ضَاحِكَةٌ مُّسْتَبْشِرَةٌ ﴿٣٩﴾
40. Uwo musi, hari n'abandi bazoba buzuye inkungugu mu maso, bajumarariwe;	وَوُجُوهٌ يَوْمَئِذٍ عَلَيْهَا غَبَرَةٌ ﴿٤٠﴾
41. Bijiriwe, babuze ayo bacira n'ayo bamira, bagayitse.	تَرْهَقُهَا قَتَرَةٌ ﴿٤١﴾
42. Abo rero, ni bo bagarariji, abagizi ba nabi.	أُوْلَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْكَفَرَةُ ٱلْفَجَرَةُ ﴿٤٢﴾

81. At-Takwiir (Izingwazingwa ry'izuba)
Aayah 29, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Igihe izuba ryazingwazinzwe ntiribe rigisubira kwaka;	إِذَا ٱلشَّمْسُ كُوِّرَتْ ﴿١﴾
2. Igihe n'inyenyeri zahungurutse ntizibe zigisubira kuboneka;	وَإِذَا ٱلنُّجُومُ ٱنكَدَرَتْ ﴿٢﴾
3. Igihe n'imisozi yasunitswe igahoka;	وَإِذَا ٱلْجِبَالُ سُيِّرَتْ ﴿٣﴾
4. Igihe n'ingamiya zifise amezi zirengagijwe;	وَإِذَا ٱلْعِشَارُ عُطِّلَتْ ﴿٤﴾
5. Igihe n'inyamaswa zegeranirijwe hamwe, kugira Imana Allah Ihorere izarenganijwe n'izindi;	وَإِذَا ٱلْوُحُوشُ حُشِرَتْ ﴿٥﴾
6. Igihe n'ibiyaga vyakijwe umuriro bikarurumba;	وَإِذَا ٱلْبِحَارُ سُجِّرَتْ ﴿٦﴾
7. Igihe n'imishaha yahujwe n'iyindi mishaha hari ico ihuriyeko;	وَإِذَا ٱلنُّفُوسُ زُوِّجَتْ ﴿٧﴾
8. Igihe n'umwigeme yahambwe abona yabajijwe ku musi w'izuka;	وَإِذَا ٱلْمَوْءُۥدَةُ سُئِلَتْ ﴿٨﴾
9. Ku co yahowe, kigatuma yicwa mu guhambwa abona!	بِأَىِّ ذَنۢبٍ قُتِلَتْ ﴿٩﴾

10. Igihe n'ibitabu vy'ibikorwa vy'ibiremwa vyashizwe ahabona bikugururwa;	وَإِذَا ٱلصُّحُفُ نُشِرَتْ ﴿١٠﴾
11. Igihe n'ijuru ryuguruwe rigakurwaho;	وَإِذَا ٱلسَّمَآءُ كُشِطَتْ ﴿١١﴾
12. Igihe n'umuriro wa Jahannamu wegenyejwe;	وَإِذَا ٱلْجَحِيمُ سُعِّرَتْ ﴿١٢﴾
13. Igihe n'Ubwami bw'ijuru bwegerejwe abemeramana;	وَإِذَا ٱلْجَنَّةُ أُزْلِفَتْ ﴿١٣﴾
14. Ivyo vyose nivyashika, umuntu wese rero azomenya ico yakoze; caba iciza canke ikibi.	عَلِمَتْ نَفْسٌ مَّآ أَحْضَرَتْ ﴿١٤﴾
15. Jewe Allah, Ndarahiye ku nyenyeri zitaka ku murango!	فَلَآ أُقْسِمُ بِٱلْخُنَّسِ ﴿١٥﴾
16. Zigendera ahatabona mu nzira-ntasobwa zazo!	ٱلْجَوَارِ ٱلْكُنَّسِ ﴿١٦﴾
17. Ndarahiye kandi no kw'ijoro iyo bwije!	وَٱلَّيْلِ إِذَا عَسْعَسَ ﴿١٧﴾
18. No ku gitondo iyo hakeye bugatamanzura!	وَٱلصُّبْحِ إِذَا تَنَفَّسَ ﴿١٨﴾
19. Ko mu vy'ukuri iyo Qor'ani, ari ijambo ry'Uhoraho Allah rishikirizwa n'Intumwa yubashwe (Umumalayika Jibrili);	إِنَّهُۥ لَقَوْلُ رَسُولٍ كَرِيمٍ ﴿١٩﴾
20. Nyeninguvu n'ubushobozi bwo kwubahiriza amabwirizwa, afise icubahiro kinini imbere ya Nyenubuhangamo Allah;	ذِى قُوَّةٍ عِندَ ذِى ٱلْعَرْشِ مَكِينٍ ﴿٢٠﴾
21. Agamburukirwa n'abandi bamalayika, umwizigirwa mu guhishurira Intumwa.	مُّطَاعٍ ثَمَّ أَمِينٍ ﴿٢١﴾
22. Umugenzi wanyu Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), si umusazi namba;	وَمَا صَاحِبُكُم بِمَجْنُونٍ ﴿٢٢﴾
23. Mu vy'ukuri Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yarabonye umumalayika Jibrili ukuri kwamye mu buseruko bw'i Makka[1];	وَلَقَدْ رَءَاهُ بِٱلْأُفُقِ ٱلْمُبِينِ ﴿٢٣﴾
24. Kandi Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ntiyigungirako ijambo ry'Imana Allah;	وَمَا هُوَ عَلَى ٱلْغَيْبِ بِضَنِينٍ ﴿٢٤﴾
25. Kanatsinda, iyo Qor'ani si ijambo rya shetani yavumwe. Ahubwo ni ijambo ry'Imana Allah.	وَمَا هُوَ بِقَوْلِ شَيْطَٰنٍ رَّجِيمٍ ﴿٢٥﴾
26. Mbega, mwebwe mugana hehe, mu guhakana Qor'ani inyuma y'ivyo vyemezo vyose?	فَأَيْنَ تَذْهَبُونَ ﴿٢٦﴾
27. Iyo Qor'ani ntagatifu si ikindi, kiretse ko ari urwibutso ku bantu bose;	إِنْ هُوَ إِلَّا ذِكْرٌ لِّلْعَٰلَمِينَ ﴿٢٧﴾
28. Kuri uwo wese muri mwebwe ashaka gutumbera inzira igororotse.	لِمَن شَآءَ مِنكُمْ أَن يَسْتَقِيمَ ﴿٢٨﴾
29. Kandi ntimuzoshaka kugororoka ngo mubishobore, kiretse igihe Imana Allah Ibishatse, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose.	وَمَا تَشَآءُونَ إِلَّآ أَن يَشَآءَ ٱللَّهُ رَبُّ ٱلْعَٰلَمِينَ ﴿٢٩﴾

[1] Iyo, ni yo yari incuro ya mbere Intumwa ibona umumalayika Jibrili. Ico gihe, Intumwa yari mw'isenga ry'ibuye ryitwa HIRAA-A.

82. Al-Infitwaar (Isadagurika ry'ijuru)
Aayah 19, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Igihe ijuru ryasadaguritse;	إِذَا ٱلسَّمَآءُ ٱنفَطَرَتْ ﴿١﴾
2. Igihe n'inyenyeri zahungurutse;	وَإِذَا ٱلْكَوَاكِبُ ٱنتَثَرَتْ ﴿٢﴾
3. Igihe n'ibiyaga vyagomorowe bigacika kimwe;	وَإِذَا ٱلْبِحَارُ فُجِّرَتْ ﴿٣﴾
4. Igihe n'imva zazuwe;	وَإِذَا ٱلْقُبُورُ بُعْثِرَتْ ﴿٤﴾
5. Ivyo vyose nivyashika, umuntu wese azomenya ico yakoze n'ico yirengagije, aheze agihemberwe.	عَلِمَتْ نَفْسٌ مَّا قَدَّمَتْ وَأَخَّرَتْ ﴿٥﴾
6. Ewe muntu uhakana izurwa ry'ibiremwa! Wahenzwe n'igiki kigutuma ugarariza Imana yawe Rurema Allah, Nyenubugiraneza?	يَٰٓأَيُّهَا ٱلْإِنسَٰنُ مَا غَرَّكَ بِرَبِّكَ ٱلْكَرِيمِ ﴿٦﴾
7. Ni Yo Yakuremye, Iragutunganya, Iranakuringaniza neza;	ٱلَّذِى خَلَقَكَ فَسَوَّىٰكَ فَعَدَلَكَ ﴿٧﴾
8. Yakuremye uko Ishaka mw'ishusho rihambaye.	فِىٓ أَىِّ صُورَةٍ مَّا شَآءَ رَكَّبَكَ ﴿٨﴾
9. Bantu! Nimuteshwe mute murahumba! Murihenda mu gusenga ibigirwamana. Ahubwo mwebwe muhakana mwivuye inyuma umusi w'impera n'iharurirwa.	كَلَّا بَلْ تُكَذِّبُونَ بِٱلدِّينِ ﴿٩﴾
10. Mu vy'ukuri, mufise abamalayika bajejwe kubabungabungira ivyo mukora mu kuvyandika;	وَإِنَّ عَلَيْكُمْ لَحَٰفِظِينَ ﴿١٠﴾
11. Batewe iteka n'Imana Allah, bandika vyose ata kibacika;	كِرَامًا كَٰتِبِينَ ﴿١١﴾
12. Barazi ivyo mukora vyose, vyaba ivyiza canke ibibi.	يَعْلَمُونَ مَا تَفْعَلُونَ ﴿١٢﴾
13. Mu vy'ukuri aberanda bubahiriza agateka k'Imana Allah n'agateka k'ibiremwa, ni ukuri bazoba bari mu nema z'Ubwami bw'ijuru.	إِنَّ ٱلْأَبْرَارَ لَفِى نَعِيمٍ ﴿١٣﴾
14. Mu vy'ukuri, n'inkozi z'ikibi zitigera zubahiriza agateka k'Imana Allah n'ak'ibiremwa, na zo zizoba ziri mu muriro ururumba;	وَإِنَّ ٱلْفُجَّارَ لَفِى جَحِيمٍ ﴿١٤﴾
15. Zizowinjira, ziwote ku musi w'impera;	يَصْلَوْنَهَا يَوْمَ ٱلدِّينِ ﴿١٥﴾
16. Ntizizowukira ngo ziwuvemwo canke ngo zipfe.	وَمَا هُمْ عَنْهَا بِغَآئِبِينَ ﴿١٦﴾
17. Mbega, ni igiki cokumenyesha uwo musi w'impera ico ari co!	وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا يَوْمُ ٱلدِّينِ ﴿١٧﴾
18. Hanyuma, ni igiki cokumenyesha uwo musi w'impera ico ari co!	ثُمَّ مَآ أَدْرَىٰكَ مَا يَوْمُ ٱلدِّينِ ﴿١٨﴾
19. Ni umusi umuntu ata co azomarira mugenziwe. Itegeko kuri uwo musi, ni iry'Imana Allah Yonyene.	يَوْمَ لَا تَمْلِكُ نَفْسٌ لِّنَفْسٍ شَيْـًٔا وَٱلْأَمْرُ يَوْمَئِذٍ لِّلَّهِ ﴿١٩﴾

83. Al-Mutwaffifiina (Abagabanya ku munzani)
Aayah 36, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Uguhanwa nya guhanwa, ni ukw'abazirika umunzani n'abadakwiza ingero (igipimo);	وَيۡلٞ لِّلۡمُطَفِّفِينَ ١
2. Abitwararika gukwirizwa ku munzani n'ingero mu gihe bapimiwe n'abandi bantu.	ٱلَّذِينَ إِذَا ٱكۡتَالُواْ عَلَى ٱلنَّاسِ يَسۡتَوۡفُونَ ٢
3. Iyo naho bapimiye abandi bantu ku ngero canke ku munzani, ntibakwiza urugero.	وَإِذَا كَالُوهُمۡ أَو وَّزَنُوهُمۡ يُخۡسِرُونَ ٣
4. Mbega, ntibazi ko bazozurwa bakanahemberwa ivyo bakoze!	أَلَا يَظُنُّ أُوْلَٰٓئِكَ أَنَّهُم مَّبۡعُوثُونَ ٤
5. Ku musi w'intureka zihambaye.	لِيَوۡمٍ عَظِيمٖ ٥
6. Umusi abantu bose bazohagarara imbere y'Imana yabo Rurema Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose, kugira Ibahembere ivyo bakoze vyose.	يَوۡمَ يَقُومُ ٱلنَّاسُ لِرَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٦
7. Nibateshwe bate, barahumba! Mu vy'ukuri, ubushikiro bw'inkozi z'ikibi ni mu kaga "Sijjiini".	كَلَّآ إِنَّ كِتَٰبَ ٱلۡفُجَّارِ لَفِي سِجِّينٖ ٧
8. Mbega, ni igiki cokumenyesha akaga "Sijjiini" ico ari co?	وَمَآ أَدۡرَىٰكَ مَا سِجِّينٞ ٨
9. Ni ibihano bibabaza vy'akataraboneka bategekanirijwe, vyanditswe mu buryo ata kwihenda kurimwo.	كِتَٰبٞ مَّرۡقُومٞ ٩
10. Uguhanwa nya guhanwa, ni ukw'abahakanyi;	وَيۡلٞ يَوۡمَئِذٖ لِّلۡمُكَذِّبِينَ ١٠
11. Bahakana bivuye inyuma ko hari umusi w'impera.	ٱلَّذِينَ يُكَذِّبُونَ بِيَوۡمِ ٱلدِّينِ ١١
12. Nta wuhakana uwo musi atari uwimonogoje mu buhakanyi, umunyavyaha ruhebwa;	وَمَا يُكَذِّبُ بِهِۦٓ إِلَّا كُلُّ مُعۡتَدٍ أَثِيمٍ ١٢
13. Iyo asomewe Aayah zacu za Qo'rani, aca avuga ati: "Ivyo, ni imigani n'ibitito vy'ab'aho hambere".	إِذَا تُتۡلَىٰ عَلَيۡهِ ءَايَٰتُنَا قَالَ أَسَٰطِيرُ ٱلۡأَوَّلِينَ ١٣
14. Nibateshwe bate, barahumba! Ahubwo ni amajambo y'Imana Allah Yahishuriye Intumwa yayo. Bananiwe kwemera Qor'ani, kuko imitima yabo yaguye ingese, itewe n'ibicumuro bakoze.	كَلَّاۖ بَلۡۜ رَانَ عَلَىٰ قُلُوبِهِم مَّا كَانُواْ يَكۡسِبُونَ ١٤
15. Nibateshwe bate, barahumba! Ahubwo mu vy'ukuri, abahakanyi kuri uwo musi w'izuka, bazobuzwa kubona Imana yabo Rurema Allah[1];	كَلَّآ إِنَّهُمۡ عَن رَّبِّهِمۡ يَوۡمَئِذٖ لَّمَحۡجُوبُونَ ١٥
16. Hanyuma binjire mu muriro ururumba, bawote;	ثُمَّ إِنَّهُمۡ لَصَالُواْ ٱلۡجَحِيمِ ١٦

[1] Iyi Aayah, irerekana ko abemeramana ari bo bazobona Imana yabo Rurema Allah mu Bwami bw'ijuru.

17. Hanyuma babwirwe n’abamalayika bawucungereye bati: “Ibi, ni vya bihano mwahora muhakana mwivuye inyuma”.	ثُمَّ يُقَالُ هَٰذَا ٱلَّذِى كُنتُم بِهِۦ تُكَذِّبُونَ ﴿١٧﴾
18. Emwe! Nibateshwe bate barahumba! Mu vy’ukuri, ivyanditswe ku beranda biri ku rwego ruhanitse “Illiyyiina” mu Bwami bw’ijuru.	كَلَّآ إِنَّ كِتَٰبَ ٱلْأَبْرَارِ لَفِى عِلِّيِّينَ ﴿١٨﴾
19. Mbega, ni igiki cokumenyesha urwego ruhanitse “Illiyyiina” ico ari co!	وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا عِلِّيُّونَ ﴿١٩﴾
20. Ni ivyagenewe aberanda, vyanditswe mu buryo ata kwihenda kurimwo;	كِتَٰبٌ مَّرْقُومٌ ﴿٢٠﴾
21. Bibonwa n’abamalayika b’abishikira.	يَشْهَدُهُ ٱلْمُقَرَّبُونَ ﴿٢١﴾
22. Mu vy’ukuri aberanda, bazoba bari mu nema z’Ubwami bw’ijuru;	إِنَّ ٱلْأَبْرَارَ لَفِى نَعِيمٍ ﴿٢٢﴾
23. Bicaye ku bitanda bisharije vy'iteka biteye igomwe, baraba Imana yabo Allah hamwe n’ingabirano n’ivyiza bahawe;	عَلَى ٱلْأَرَآئِكِ يَنظُرُونَ ﴿٢٣﴾
24. Uzobona basayangana mu maso kubera akamwemwe ku kandi gatewe n’inema z’Imana Allah;	تَعْرِفُ فِى وُجُوهِهِمْ نَضْرَةَ ٱلنَّعِيمِ ﴿٢٤﴾
25. Bazoherezwa inzoga zitaboreza, zipfundikiye neza zitwararitswe.	يُسْقَوْنَ مِن رَّحِيقٍ مَّخْتُومٍ ﴿٢٥﴾
26. Uwuhejeje kunywa kuri nya nzoga, mu kanwa hasigara akamoto ka “Miski”. Mu gutsindira izo nema rero, nibarushanwe abarushanwa.	خِتَٰمُهُۥ مِسْكٌ ۚ وَفِى ذَٰلِكَ فَلْيَتَنَافَسِ ٱلْمُتَنَٰفِسُونَ ﴿٢٦﴾
27. Iyo nzoga yengeshejwe amazi ya “Tasniim”;	وَمِزَاجُهُۥ مِن تَسْنِيمٍ ﴿٢٧﴾
28. Ni iriba, abatoni b’Imana Allah bazonywako.	عَيْنًا يَشْرَبُ بِهَا ٱلْمُقَرَّبُونَ ﴿٢٨﴾
29. Mu vy’ukuri abahakanye Imana Allah, bahora batwenga abemeramana bakiri kw’isi;	إِنَّ ٱلَّذِينَ أَجْرَمُوا۟ كَانُوا۟ مِنَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ يَضْحَكُونَ ﴿٢٩﴾
30. Mu gihe babarenganye, bavunanira urugohe ku gasuzuguro;	وَإِذَا مَرُّوا۟ بِهِمْ يَتَغَامَزُونَ ﴿٣٠﴾
31. Mu gihe naho batashe mu miryango yabo, bagataha baryohewe batera inkuru z’ukuntu basuzuguye abemeramana;	وَإِذَا ٱنقَلَبُوٓا۟ إِلَىٰٓ أَهْلِهِمُ ٱنقَلَبُوا۟ فَكِهِينَ ﴿٣١﴾
32. Iyo naho babonye ingendanyi zamaze kwemera Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah), bavuga bati: “Mu vy’ukuri, abo ni bo bahuvye, bari mu muzimiza”.	وَإِذَا رَأَوْهُمْ قَالُوٓا۟ إِنَّ هَٰٓؤُلَآءِ لَضَآلُّونَ ﴿٣٢﴾
33. Kanatsinda, ntibatumwe kugira ngo bazicungere.	وَمَآ أُرْسِلُوا۟ عَلَيْهِمْ حَٰفِظِينَ ﴿٣٣﴾
34. Uno musi w’izuka rero, abemeye Imana Allah n’Intumwa yayo bakubahiriza n’amabwirizwa yayo, baratwenga abagararije basuzuguritse mu bihano;	فَٱلْيَوْمَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ مِنَ ٱلْكُفَّارِ يَضْحَكُونَ ﴿٣٤﴾

35. Abemeramana bazoba bicaye ku bitanda vy'iteka bisharije biteye igomwe, baraba Imana yabo Allah hamwe n'ingabirano n'ivyiza bahawe; عَلَى ٱلْأَرَآئِكِ يَنظُرُونَ ﴿٣٥﴾

36. Bazovuga bati: "Mbega yemwe! Abagarariji boba bahembewe ivyo bari barakoze kw'isi?". هَلْ ثُوِّبَ ٱلْكُفَّارُ مَا كَانُوا۟ يَفْعَلُونَ ﴿٣٦﴾

84. Al-Inshiqaaq (Isaduka ry'ijuru)
Aayah 25, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Igihe ijuru ryasadutse rigatabuka ku musi w'umuhero w'isi; إِذَا ٱلسَّمَآءُ ٱنشَقَّتْ ﴿١﴾

2. Rikumvira Imana yaryo Rurema Allah, kandi ritegerezwa nta kibuza; وَأَذِنَتْ لِرَبِّهَا وَحُقَّتْ ﴿٢﴾

3. Igihe n'isi yasanjwe; وَإِذَا ٱلْأَرْضُ مُدَّتْ ﴿٣﴾

4. Igasohora abantu n'ubutare biri muri yo, igasigara igaragara; وَأَلْقَتْ مَا فِيهَا وَتَخَلَّتْ ﴿٤﴾

5. Ikumvira Imana yayo Rurema Allah, kandi itegerezwa nta kibuza. وَأَذِنَتْ لِرَبِّهَا وَحُقَّتْ ﴿٥﴾

6. Ewe muntu! Mu vy'ukuri wewe, ugana ku Mana Allah, ukita ku rutare mu bikorwa, vyaba vyiza canke bibi, kugeza aho uzohura n'Imana yawe Rurema Allah Ikabiguhembera. يَٰٓأَيُّهَا ٱلْإِنسَٰنُ إِنَّكَ كَادِحٌ إِلَىٰ رَبِّكَ كَدْحًا فَمُلَٰقِيهِ ﴿٦﴾

7. Uwo wese rero azohabwa igitabu c'ibikorwa vyiwe mu kuboko kwiwe kw'iburyo; فَأَمَّا مَنْ أُوتِىَ كِتَٰبَهُۥ بِيَمِينِهِۦ ﴿٧﴾

8. Uyo, ni we azoharurirwa ibiharuro vyoroshe; فَسَوْفَ يُحَاسَبُ حِسَابًا يَسِيرًا ﴿٨﴾

9. Maze agasubira mu bantu biwe mu Bwami bw'ijuru akanyamuneza kamusya. وَيَنقَلِبُ إِلَىٰٓ أَهْلِهِۦ مَسْرُورًا ﴿٩﴾

10. Nayo uwuzohabwa igitabu c'ibikorwa vyiwe inyuma y'umugongo wiwe; وَأَمَّا مَنْ أُوتِىَ كِتَٰبَهُۥ وَرَآءَ ظَهْرِهِۦ ﴿١٠﴾

11. Uyo rero, azoheza yisabire urupfu; فَسَوْفَ يَدْعُوا۟ ثُبُورًا ﴿١١﴾

12. Yinjire no mu muriro wama wegenyejwe; وَيَصْلَىٰ سَعِيرًا ﴿١٢﴾

13. Kuko mu vy'ukuri, yahorana akanyamuneza mu muryango wiwe akiri kw'isi, nta co yategekanirije uyu musi. إِنَّهُۥ كَانَ فِىٓ أَهْلِهِۦ مَسْرُورًا ﴿١٣﴾

14. Mu vy'ukuri, yibaza ko atazosubira ku Mana yiwe Allah ngo Imuharurire. إِنَّهُۥ ظَنَّ أَن لَّن يَحُورَ ﴿١٤﴾

15. Yobuzwa n'iki gusubira ku Mana Allah! Mu vy'ukuri Imana yiwe Rurema Allah, Yamye ari Nyenukubona, Yaramubona we n'ivyo yakora. بَلَىٰٓ ۚ إِنَّ رَبَّهُۥ كَانَ بِهِۦ بَصِيرًا ﴿١٥﴾

16. Jewe Allah, Ndarahiye ku bicu bitukura bugorovye! فَلَآ أُقْسِمُ بِٱلشَّفَقِ ﴿١٦﴾

17. No kw'ijoro n'ivyo rinyegeje! وَٱلَّيْلِ وَمَا وَسَقَ ﴿١٧﴾

18. No ku kwezi iyo gukwijije umuco mu mfato! وَٱلْقَمَرِ إِذَا ٱتَّسَقَ ﴿١٨﴾

19. Bantu! Ni ukuri muzohura n'ibihe bigoye bisumbasumbana[1]. لَتَرْكَبُنَّ طَبَقًا عَن طَبَقٍ ﴿١٩﴾

20. Mbega, abantu babuzwa n'iki kwemera Imana Allah n'umusi w'iherezo, kandi basomerwa Aayah za Qor'ani zitomoye! فَمَا لَهُمْ لَا يُؤْمِنُونَ ﴿٢٠﴾

21. N'iyo basomewe Qor'ani, ntibubamira Imana Allah ngo bemere amabwirizwa yayo. وَإِذَا قُرِئَ عَلَيْهِمُ ٱلْقُرْءَانُ لَا يَسْجُدُونَ ۩ ﴿٢١﴾

22. Ahubwo abagararije bahakana Qor'ani bivuye inyuma, izuka n'iharurirwa ry'ibiremwa. بَلِ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ يُكَذِّبُونَ ﴿٢٢﴾

23. Burya Imana Allah, ni Yo Izi neza ivyo bahishije mu mishaha yabo. وَٱللَّهُ أَعْلَمُ بِمَا يُوعُونَ ﴿٢٣﴾

24. Ntumwa y'Imana! Bashikirize rero inkuru y'incamugongo yo guhabwa ibihano bibabaza. فَبَشِّرْهُم بِعَذَابٍ أَلِيمٍ ﴿٢٤﴾

25. Ariko abantu bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakanakora n'ivyiza bitegetswe, barafise impembo idahera bagenewe mu buzima bw'inyuma yo gupfa. إِلَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَهُمْ أَجْرٌ غَيْرُ مَمْنُونٍ ﴿٢٥﴾

85. Al-Buruuj (Inzira-ntasobwa z'inyenyeri)
Aayah 22, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye kw'ijuru rifise inzira-ntasobwa z'izuba n'ukwezi! وَٱلسَّمَآءِ ذَاتِ ٱلْبُرُوجِ ﴿١﴾

2. No ku musi w'isango ryategekanijwe ry'izuka ry'ibiremwa! وَٱلْيَوْمِ ٱلْمَوْعُودِ ﴿٢﴾

3. No ku cabona cagiriza no ku wagirizwa[2]! وَشَاهِدٍ وَمَشْهُودٍ ﴿٣﴾

4. Harahonejwe abantu Benibinogo amahanga bimbiye abemeramana; قُتِلَ أَصْحَٰبُ ٱلْأُخْدُودِ ﴿٤﴾

5. Baraheza bavyatsamwo umuriro wenyegejwe; ٱلنَّارِ ذَاتِ ٱلْوَقُودِ ﴿٥﴾

6. Igihe bari bicaye hambavu yavyo; إِذْ هُمْ عَلَيْهَا قُعُودٌ ﴿٦﴾

7. Bitegereza ivyo bakorera abemeramana mu bihano. وَهُمْ عَلَىٰ مَا يَفْعَلُونَ بِٱلْمُؤْمِنِينَ شُهُودٌ ﴿٧﴾

8. Nta na kimwe babahoye atari uko bemera Imana Imwe Rudende Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, وَمَا نَقَمُواْ مِنْهُمْ إِلَّآ أَن يُؤْمِنُواْ بِٱللَّهِ ٱلْعَزِيزِ ٱلْحَمِيدِ ﴿٨﴾

[2] Umuntu wese aremwa mw'ima ry'intanga, rigahinduka amaraso avuze; nya maraso avuze agahinduka igihimba c'inyama; hanyuma nya gihimba c'inyama kigahuhirwamwo inkomoko y'ubuzima "Roho". Yamara kuvuka akabaho, hanyuma agapfa, akazozuka, agashorerwa kw'iyegeranirizo ry'ibiremwa, hanyuma agaharurirwa.

[1] Imana Allah, Irahira ku co Ishatse mu biremwa, nayo ikiremwa ntikirekuriwe kurahira kiretse kw'izina ry'Imana Allah, kurahira ku kitari Imana Allah, ni ibangikanyamana.

Nyenugushimwa, Ishimwa ku mazina, amatazirano n'ibikorwa vyayo mu bihe vyose.

9. Ni Yo Nyenubwami, Igaba Ikaganza amajuru n'isi n'ibiri muri vyo vyose. Burya Imana Allah, Irazi ikintu ico ari co cose.

ٱلَّذِى لَهُۥ مُلْكُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ ۚ وَٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ شَىْءٍ شَهِيدٌ ﴿٩﴾

10. Mu vy'ukuri, abatoteje abemeramana n'abemeramanakazi mu kubaturira kugira bavavanure n'idini ry'Imana Allah, hanyuma ntibigaya ku Mana Allah ngo basabe imbabazi, abo bazohanwa mu muriro wa Jahannamu, baranategekanirijwe ibihano vyo guturirwa.

إِنَّ ٱلَّذِينَ فَتَنُوا۟ ٱلْمُؤْمِنِينَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتِ ثُمَّ لَمْ يَتُوبُوا۟ فَلَهُمْ عَذَابُ جَهَنَّمَ وَلَهُمْ عَذَابُ ٱلْحَرِيقِ ﴿١٠﴾

11. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakanakora n'ivyiza bitegetswe, barategekanirijwe imirima itotahaye mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi. Iyo, ni yo ntsinzi ihambaye.

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ لَهُمْ جَنَّٰتٌ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَٰرُ ۚ ذَٰلِكَ ٱلْفَوْزُ ٱلْكَبِيرُ ﴿١١﴾

12. Mu vy'ukuri, uguhana kw'Imana yawe Rurema Allah kurahambaye.

إِنَّ بَطْشَ رَبِّكَ لَشَدِيدٌ ﴿١٢﴾

13. Mu vy'ukuri, ni Yo Yatanguje kurema ibiremwa vyose ata co Irinze gufatirako, kandi ni Yo Izobisubiza ubuzima, biheze bizuke.

إِنَّهُۥ هُوَ يُبْدِئُ وَيُعِيدُ ﴿١٣﴾

14. Ni na Yo Nyenimbabazi-ntangere ku bigaya, Nyenurukundo-ntangere ku batoni bayo.

وَهُوَ ٱلْغَفُورُ ٱلْوَدُودُ ﴿١٤﴾

15. Nyenubuhangamo, Nyeniteka.

ذُو ٱلْعَرْشِ ٱلْمَجِيدُ ﴿١٥﴾

16. Ikorana ubwira ico Ishatse, ntakiyinanira.

فَعَّالٌ لِّمَا يُرِيدُ ﴿١٦﴾

17. Ntumwa y'Imana! Mbega, woba warashikiriwe n'inkuru y'ivyashikiye ingabo z'abagarariji!

هَلْ أَتَىٰكَ حَدِيثُ ٱلْجُنُودِ ﴿١٧﴾

18. Ingabo za Firawuni n'iza Bene Thamuudi!

فِرْعَوْنَ وَثَمُودَ ﴿١٨﴾

19. Ahubwo abagararije Imana Allah bishinga kubandanya bahakana nk'ab'aho hambere.

بَلِ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ فِى تَكْذِيبٍ ﴿١٩﴾

20. Burya Imana Allah na Yo ku bushobozi n'ubumenyi vyayo, Irabakikuje ku mpande zose, nta buhungiro.

وَٱللَّهُ مِن وَرَآئِهِم مُّحِيطٌۢ ﴿٢٠﴾

21. Iyo Qor'ani bahakana, si amajambo y'abantu! Ahubwo, ni Qor'ani ntagatifu;

بَلْ هُوَ قُرْءَانٌ مَّجِيدٌ ﴿٢١﴾

22. Yanditswe ku kibaho kibungabunzwe neza "Lawhu Mahfuudhw".

فِى لَوْحٍ مَّحْفُوظٍۭ ﴿٢٢﴾

86. At-Twaariq (Igiserukajoro)
Aayah 17, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye kw'ijuru no ku giserukajoro!

وَٱلسَّمَآءِ وَٱلطَّارِقِ ﴿١﴾

2. Ni igiki cokumenyesha ico ari co igiserukajoro?

وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا ٱلطَّارِقُ ﴿٢﴾

3. Ni inyenyeri yakaka. ٱلنَّجْمُ ٱلثَّاقِبُ ۝٣

4. Ndarahiye kuri ivyo vyose, ko ata muntu n'umwe kiretse ko afise umubungabunzi azigama ibikorwa vyiwe mu bamalayika, kugira azobihemberwe! إِن كُلُّ نَفْسٍ لَّمَّا عَلَيْهَا حَافِظٌ ۝٤

5. Umuntu ahakana izuka ry'ibiremwa rero, niyitegereze ico yaremwemwo, aheze amenye ko izurwa ryiwe ritagoye nk'iremwa ryiwe! فَلْيَنظُرِ ٱلْإِنسَٰنُ مِمَّ خُلِقَ ۝٥

6. Yaremwe mu mazi y'intanga asunitswe mu gitereko; خُلِقَ مِن مَّآءٍ دَافِقٍ ۝٦

7. Avuye hagati y'uruti rw'umugongo w'umugabo n'igikiriza c'umugore. يَخْرُجُ مِنۢ بَيْنِ ٱلصُّلْبِ وَٱلتَّرَآئِبِ ۝٧

8. Mu vy'ukuri Imana Allah Yaremye umuntu mu mazi y'intanga, Irashoboye no kumugarura inyuma yo gupfa Ikamusubiza ubuzima, akazuka. إِنَّهُۥ عَلَىٰ رَجْعِهِۦ لَقَادِرٌ ۝٨

9. Umusi amabanga azoshirwa ahabona, ivyiza bikamenyekana n'ibibi bikagaragara; يَوْمَ تُبْلَى ٱلسَّرَآئِرُ ۝٩

10. Umuntu nta bubasha azoba afise bwo kwikingira ibihano, eka nta n'umutabazi amukura mu bihano azoronka. فَمَا لَهُۥ مِن قُوَّةٍ وَلَا نَاصِرٍ ۝١٠

11. Jewe Allah, Ndarahiye kw'ijuru ryenimvura yisubiriza iyo amazi kw'isi ayaze agasubira mu kirere! وَٱلسَّمَآءِ ذَاتِ ٱلرَّجْعِ ۝١١

12. No kw'isi yiyata imigaga iyo ibiterwa bigondoye! وَٱلْأَرْضِ ذَاتِ ٱلصَّدْعِ ۝١٢

13. Ko mu vy'ukuri, iyo Qor'ani ari amajambo atandukanya ukuri n'ikinyoma; إِنَّهُۥ لَقَوْلٌ فَصْلٌ ۝١٣

14. Si n'iyo kujajura. وَمَا هُوَ بِٱلْهَزْلِ ۝١٤

15. Mu vy'ukuri, abahakana Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) hamwe na Qor'ani, bakoresha urwenge mu kurwanya ukuri. إِنَّهُمْ يَكِيدُونَ كَيْدًا ۝١٥

16. Nanje Allah Nkabahinyura mu kugaragaza ukuri gushika aho gutsinda. وَأَكِيدُ كَيْدًا ۝١٦

17. Ntumwa y'Imana! Kubera ivyo rero, tenyenyera abagarariji, ntiwihutire kubasabira ibihano, bihorere ubarindire gato, bazokwibonerako bidatevye. فَمَهِّلِ ٱلْكَٰفِرِينَ أَمْهِلْهُمْ رُوَيْدًا ۝١٧

87. Al-A'laa (Nyenicubahiro-ntangere)
Aayah 19, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ninahaza izina ry'Imana yawe Rurema Allah, Nyenicubahiro-ntangere (uvuge uti: "Sub-haana Rabbiya l-A'laa"). سَبِّحِ ٱسْمَ رَبِّكَ ٱلْأَعْلَى ۝١

2. Yararemye ibiremwa, maze Iraringaniza indemo yavyo n'ibihimba; kimwe cose aho kigenewe, kibereye; ٱلَّذِى خَلَقَ فَسَوَّىٰ ۝٢

3. Iraheza Irategekanya ivya nkenerwa vyose ku biremwa, Iranigisha kimwe cose ukuntu kivyikorako; وَٱلَّذِى قَدَّرَ فَهَدَىٰ ﴿٣﴾

4. Iranagisha n'uburagiro (ubwatsi); وَٱلَّذِىٓ أَخۡرَجَ ٱلۡمَرۡعَىٰ ﴿٤﴾

5. Hanyuma Irabukavya, busa n'urwatsi rutoto ruja kwirabura. فَجَعَلَهُۥ غُثَآءً أَحۡوَىٰ ﴿٥﴾

6. Ntumwa y'Imana! Twebwe Allah, Tuzokwigisha Qor'ani, ntuzoyibagira namba; سَنُقۡرِئُكَ فَلَا تَنسَىٰٓ ﴿٦﴾

7. Kiretse ico Imana Allah Ishatse ko wibagira ku neza y'ibiremwa. Mu vy'ukuri, ni Yo Izi ibigaragara mu bikorwa no mu majambo n'ibinyegeje muri vyo. إِلَّا مَا شَآءَ ٱللَّهُۚ إِنَّهُۥ يَعۡلَمُ ٱلۡجَهۡرَ وَمَا يَخۡفَىٰ ﴿٧﴾

8. Tuzokworohereza gukora ivyoroshe; nko kwihanganira ishikirizabutumwa no kworoherezwa amabwirizwa y'idini. وَنُيَسِّرُكَ لِلۡيُسۡرَىٰ ﴿٨﴾

9. Kubera ivyo rero, ibutsa abantu bawe warungitsweko gutumbera inzira igororotse, na canecane kwibutsa uwitezwe ko yibuka, nya kwibuka kukamugirira akamaro; فَذَكِّرۡ إِن نَّفَعَتِ ٱلذِّكۡرَىٰ ﴿٩﴾

10. Hazokwibuka uwutinya ibihano vy'Imana Allah. سَيَذَّكَّرُ مَن يَخۡشَىٰ ﴿١٠﴾

11. Uwaseserejwe n'ivyaha na we, azoheza yigire kure y'urwo rwibutso; وَيَتَجَنَّبُهَا ٱلۡأَشۡقَى ﴿١١﴾

12. Ari na we azokwinjira mu muriro udahera ukaze bihambaye; ٱلَّذِى يَصۡلَى ٱلنَّارَ ٱلۡكُبۡرَىٰ ﴿١٢﴾

13. Hanyuma ntazopfa muri wo ngo awuruhuke, eka ntazonawugiriramwo ubuzima buhimbaye. ثُمَّ لَا يَمُوتُ فِيهَا وَلَا يَحۡيَىٰ ﴿١٣﴾

14. Mu vy'ukuri yaramaze gutsinda, umuntu yiyejeje amabi; قَدۡ أَفۡلَحَ مَن تَزَكَّىٰ ﴿١٤﴾

15. Akaninahaza n'izina ry'Imana yiwe Rurema Allah, maze agasenga amasengesho-bwirizwa ku mwanya, arondera gushimwa na Yo. وَذَكَرَ ٱسۡمَ رَبِّهِۦ فَصَلَّىٰ ﴿١٥﴾

16. Bantu! Ahubwo rero, mushira imbere kurusha ubuzima bw'ibihendamaso vyo kw'isi; بَلۡ تُؤۡثِرُونَ ٱلۡحَيَوٰةَ ٱلدُّنۡيَا ﴿١٦﴾

17. Kandi ubuzima bw'inyuma yo gupfa, ari bwo bwiza gusumba, kandi bwamaho. وَٱلۡأٓخِرَةُ خَيۡرٞ وَأَبۡقَىٰٓ ﴿١٧﴾

18. Mu vy'ukuri, ivyo vyose mwadondaguriwe muri iki gisomwa, biri no mu Bitabu vy'aho hambere ya Qor'ani; إِنَّ هَٰذَا لَفِى ٱلصُّحُفِ ٱلۡأُولَىٰ ﴿١٨﴾

19. Mu Mizingo y'Intumwa z'Imana Ibrahimu na Musa (za nyakugira amahoro y'Imana Allah). صُحُفِ إِبۡرَٰهِيمَ وَمُوسَىٰ ﴿١٩﴾

88. Al-Ghaashiyah (Umusi uhwikira)
Aayah 26, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Mbega Ntumwa y'Imana! Warashikiriwe n'inkuru y'umusi uhwikira ibiremwa! هَلۡ أَتَىٰكَ حَدِيثُ ٱلۡغَٰشِيَةِ ﴿١﴾

2. Uwo musi, abagarariji bazosuzugurika bijirirwe mu maso kubera ibihano;	وُجُوهٌ يَوْمَئِذٍ خَٰشِعَةٌ ۝٢
3. Bakore bita ku rutare, baruhe;	عَامِلَةٌ نَّاصِبَةٌ ۝٣
4. Bazokwinjira mu muriro udahera, unyengetera cane;	تَصْلَىٰ نَارًا حَامِيَةً ۝٤
5. Banyweshwe mw'iriba ry'amazi asebura akaryimara;	تُسْقَىٰ مِنْ عَيْنٍ ءَانِيَةٍ ۝٥
6. Nta mfungurwa bazohabwa atari amahwa yumye;	لَّيْسَ لَهُمْ طَعَامٌ إِلَّا مِن ضَرِيعٍ ۝٦
7. Ntavyibusha namba eka ntanavuna n'inzara (ntanahembura) na gato.	لَّا يُسْمِنُ وَلَا يُغْنِي مِن جُوعٍ ۝٧
8. Uwo musi rero, abemeramana bazorangwa n'akamwemwe mu maso;	وُجُوهٌ يَوْمَئِذٍ نَّاعِمَةٌ ۝٨
9. Bashime mu buzima bw'inyuma yo gupfa ibikorwa vyabo bakoze kw'isi;	لِّسَعْيِهَا رَاضِيَةٌ ۝٩
10. Bazoba bari mu Bwami bw'ijuru bw'iteka;	فِي جَنَّةٍ عَالِيَةٍ ۝١٠
11. Ntibazokwumvamwo insaku n'amajambo ata co amaze;	لَّا تَسْمَعُ فِيهَا لَٰغِيَةً ۝١١
12. Harimwo iriba ry'amazi atemba;	فِيهَا عَيْنٌ جَارِيَةٌ ۝١٢
13. Harimwo n'ibitanda vy'icubahiro bihanitse;	فِيهَا سُرُرٌ مَّرْفُوعَةٌ ۝١٣
14. N'ibirahuri bishinguwe neza, vyabategekanirijwe;	وَأَكْوَابٌ مَّوْضُوعَةٌ ۝١٤
15. N'imisego itondeshejwe neza;	وَنَمَارِقُ مَصْفُوفَةٌ ۝١٥
16. N'ibisaswa vy'iteka bishashwe neza.	وَزَرَابِيُّ مَبْثُوثَةٌ ۝١٦
17. Mbega yemwe, abagarariji ntibitegereza ingamiya ingene yaremwe!	أَفَلَا يَنظُرُونَ إِلَى ٱلْإِبِلِ كَيْفَ خُلِقَتْ ۝١٧
18. N'ijuru ingene ryahanitswe, ata nkingi!	وَإِلَى ٱلسَّمَآءِ كَيْفَ رُفِعَتْ ۝١٨
19. N'imisozi ingene yashimitswe!	وَإِلَى ٱلْجِبَالِ كَيْفَ نُصِبَتْ ۝١٩
20. N'isi ingene yashashwe, yagutse!	وَإِلَى ٱلْأَرْضِ كَيْفَ سُطِحَتْ ۝٢٠
21. Ntumwa y'Imana! Kubera ivyo rero, Ibutsa abirengagiza ukuri, ko mu vy'ukuri wewe ujejwe kwibutsa gusa;	فَذَكِّرْ إِنَّمَآ أَنتَ مُذَكِّرٌ ۝٢١
22. Wewe ntushinzwe kubahatira kwemera.	لَّسْتَ عَلَيْهِم بِمُصَيْطِرٍ ۝٢٢
23. Ariko uwugenza umugongo, agatsimbatara mu kugarariza;	إِلَّا مَن تَوَلَّىٰ وَكَفَرَ ۝٢٣
24. Uyo, Imana Allah Izomuha ibihano ruhasha mu muriro.	فَيُعَذِّبُهُ ٱللَّهُ ٱلْعَذَابَ ٱلْأَكْبَرَ ۝٢٤
25. Mu vy'ukuri, igaruka ryabo - nibazuka - ni iwacu Twebwe Allah;	إِنَّ إِلَيْنَآ إِيَابَهُمْ ۝٢٥
26. Hanyuma, nta nkeka ko ari Twebwe Allah, Tujejwe kubaharurira ku musi w'impera.	ثُمَّ إِنَّ عَلَيْنَا حِسَابَهُم ۝٢٦

89. Al-Fajri (Umutwenzi)
Aayah 30, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Jewe Allah, Ndarahiye ku mutwenzi!	وَٱلْفَجْرِ ﴿١﴾
2. No ku majoro cumi ya mbere yo mu kwezi kwa 12, Dhul-Hijja!	وَلَيَالٍ عَشْرٍ ﴿٢﴾
3. No kuri bibiribibiri na nyahagwe!	وَٱلشَّفْعِ وَٱلْوَتْرِ ﴿٣﴾
4. No kw'ijoro iyo rihise! Ko abahakanyi bazohanwa;	وَٱلَّيْلِ إِذَا يَسْرِ ﴿٤﴾
5. Ubwo muri ivyo, ntiharimwo indahiro ikwiye ku wufise ubwenge!	هَلْ فِى ذَٰلِكَ قَسَمٌ لِّذِى حِجْرٍ ﴿٥﴾
6. Ntumwa y'Imana! Mbega, ntiwabonye ingene Imana yawe Rurema Allah Yagize Bene Aadi igihe c'Intumwa Huudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah)!	أَلَمْ تَرَ كَيْفَ فَعَلَ رَبُّكَ بِعَادٍ ﴿٦﴾
7. Ubwoko bwa Iramu, beninguvu n'amazu maremare;	إِرَمَ ذَاتِ ٱلْعِمَادِ ﴿٧﴾
8. Nta baremwe nkabo mu bindi bisagara mu ngimba n'inguvu bari bafise.	ٱلَّتِى لَمْ يُخْلَقْ مِثْلُهَا فِى ٱلْبِلَٰدِ ﴿٨﴾
9. Ntiwabonye n'ukuntu Yagize Bene Thamuudi, babaza amazu mu mabuye mu kabande igihe c'Intumwa Swalehe (nyakugira amahoro y'Imana Allah)!	وَثَمُودَ ٱلَّذِينَ جَابُوا۟ ٱلصَّخْرَ بِٱلْوَادِ ﴿٩﴾
10. Ntiwabonye kandi ukuntu Yagize Firawuni nyeningabo zatsimbataje ubwami bwiwe muri Misiri!	وَفِرْعَوْنَ ذِى ٱلْأَوْتَادِ ﴿١٠﴾
11. Abo bose, barimonogoje mu bugizi bwa nabi, mu bihugu vy'Imana Allah;	ٱلَّذِينَ طَغَوْا۟ فِى ٱلْبِلَٰدِ ﴿١١﴾
12. Baraheza bakwiragizamwo ubwononyi bwinshi;	فَأَكْثَرُوا۟ فِيهَا ٱلْفَسَادَ ﴿١٢﴾
13. Maze Imana yawe Rurema Allah, Ica Irabamanurira ibihano bibakwiye.	فَصَبَّ عَلَيْهِمْ رَبُّكَ سَوْطَ عَذَابٍ ﴿١٣﴾
14. Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri Imana yawe Rurema Allah, ni Umurereretsi w'ivyo bakoze, Iratenyenya ntiyibagira.	إِنَّ رَبَّكَ لَبِٱلْمِرْصَادِ ﴿١٤﴾
15. Nayo umuntu, iyo Imana yiwe Rurema Allah Imugerageje, Ikamutera iteka ry'ubutegetsi canke ry'ubutunzi, araheza akibaza ko biturutse ku butore bwiwe, agaca avuga ati: "Imana yanje Rurema Allah, Yaranteye iteka nta ngere".	فَأَمَّا ٱلْإِنسَٰنُ إِذَا مَا ٱبْتَلَىٰهُ رَبُّهُۥ فَأَكْرَمَهُۥ وَنَعَّمَهُۥ فَيَقُولُ رَبِّىٓ أَكْرَمَنِ ﴿١٥﴾
16. Iyo naho Imugerageje, Ikamugerera mu vyo Imuronsa bimubeshaho, araheza akibaza ko biturutse ku gasuzuguro, agaca avuga ati: "Imana yanje Rurema Allah, Yaransuzuguye".	وَأَمَّآ إِذَا مَا ٱبْتَلَىٰهُ فَقَدَرَ عَلَيْهِ رِزْقَهُۥ فَيَقُولُ رَبِّىٓ أَهَٰنَنِ ﴿١٦﴾

كَلَّا بَل لَّا تُكۡرِمُونَ ٱلۡيَتِيمَ ١٧

17. Nateshwe ate, arahumba! Ariko guhabwa iteka guturuka ku kwumvira Imana Allah; gusuzugurwa na kwo, kugaturuka ku kugabitaniriza Imana Allah. Ahubwo rero mwebwe, ntimwitaho impfuvyi ngo muzifashe;

وَلَا تَحٰٓضُّونَ عَلَىٰ طَعَامِ ٱلۡمِسۡكِينِ ١٨

18. Ntimunahimirizanya gufungurira abakene;

وَتَأۡكُلُونَ ٱلتُّرَاثَ أَكۡلٗا لَّمّٗا ١٩

19. Mukarya mukuzako n'amatungo y'abandi mu bisigi;

وَتُحِبُّونَ ٱلۡمَالَ حُبّٗا جَمّٗا ٢٠

20. Mugakunda n'amatungo urukundo rurenze.

كَلَّآ إِذَا دُكَّتِ ٱلۡأَرۡضُ دَكّٗا دَكّٗا ٢١

21. Nimuteshwe mute, murahumba! Ntimwategerezwa kuba ukwo. Igihe rero isi yahondwahonzwe;

وَجَآءَ رَبُّكَ وَٱلۡمَلَكُ صَفّٗا صَفّٗا ٢٢

22. Imana yawe Rurema Allah na Yo, Ikaza gutunganiriza ibiremwa, abamalayika na bo batonze ku murongo;

وَجِاْيٓءَ يَوۡمَئِذِۭ بِجَهَنَّمَۚ يَوۡمَئِذٖ يَتَذَكَّرُ ٱلۡإِنسَٰنُ وَأَنَّىٰ لَهُ ٱلذِّكۡرَىٰ ٢٣

23. Umuriro wa Jahannamu na wo kuri uwo musi, ugashirwa ahabona; uwo musi, umuntu w'umugarariji azokwikebuka yibuke kwigaya, ariko rero ukwo kwibuka akigaya, nta co kuzomumarira.

يَقُولُ يَٰلَيۡتَنِي قَدَّمۡتُ لِحَيَاتِي ٢٤

24. Azovuga yicuza ati: "Ubona iyo nkora nkiri kw'isi ivyomfasha muri ubu buzima bwanje bw'inyuma yo gupfa!".

فَيَوۡمَئِذٖ لَّا يُعَذِّبُ عَذَابَهُۥٓ أَحَدٞ ٢٥

25. Kuri uwo musi rero, nta wuzohana umuhakanyi bikwiye nk'igihano c'Imana Allah.

وَلَا يُوثِقُ وَثَاقَهُۥٓ أَحَدٞ ٢٦

26. Kandi nta wuzoboha nk'Imana Allah mu kudadira umuhakanyi.

يَٰٓأَيَّتُهَا ٱلنَّفۡسُ ٱلۡمُطۡمَئِنَّةُ ٢٧

27. Iyo umwemeramana apfuye, abwirwa ati: "Ewe mutima utekanishijwe n'ininahaza n'itaziramana hamwe n'ukwemera Imana Allah!

ٱرۡجِعِيٓ إِلَىٰ رَبِّكِ رَاضِيَةٗ مَّرۡضِيَّةٗ ٢٨

28. Subira ku Mana yawe Rurema Allah wishimiye impera yayo, wishimiwe n'Iyakuremye Allah;

فَٱدۡخُلِي فِي عِبَٰدِي ٢٩

29. Uheze winjire rero mu mugwi w'abaja banje beranda;

وَٱدۡخُلِي جَنَّتِي ٣٠

30. Winjire no mu Bwami bwanje bw'ijuru".

90. Al-Baladi (Igisagara ca Makka)
Aayah 20, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

لَآ أُقۡسِمُ بِهَٰذَا ٱلۡبَلَدِ ١

1. Jewe Allah, Ndarahiye kuri iki gisagara ceranda ca Makka!

وَأَنتَ حِلُّۢ بِهَٰذَا ٱلۡبَلَدِ ٢

2. Kikaba ari na co wewe Intumwa Muhamadi urekuriwe gukoreramwo ico ushatse[1].

[1] Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yarekuriwe gukorera mu gisagara ca Makka ico ishatse, harimwo n'indwano mu kiringo kitarenga isaha imwe ku mutaga. Iyi Aayah, irerekana ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), izokwigarurira ico gisagara habanje kuba indwano.

3. Ndarahiye kandi no ku kiremwa kivyara (ari co Adamu) n'ikivyarwa (mu rwaruka rwiwe)!	وَوَالِدٍ وَمَا وَلَدَ ﴿٣﴾
4. Ko mu vy'ukuri Twebwe Allah Twaremye, ikiremwa-muntu kizohura n'umuruho ku wundi kw'isi kugeza gupfa.	لَقَدْ خَلَقْنَا ٱلْإِنسَٰنَ فِى كَبَدٍ ﴿٤﴾
5. Mbega umuntu kubera amatungo yegeranije, yibaza ko ata wuzoshobora kumugonda!	أَيَحْسَبُ أَن لَّن يَقْدِرَ عَلَيْهِ أَحَدٌ ﴿٥﴾
6. Avuga yihaya ngo: "Naratanze amatungo menshi cane!".	يَقُولُ أَهْلَكْتُ مَالًا لُّبَدًا ﴿٦﴾
7. Mbega, yibaza ko ata n'umwe amubona akazomuhera ku vyo yakoze, vyaba bike canke vyinshi!	أَيَحْسَبُ أَن لَّمْ يَرَهُۥٓ أَحَدٌ ﴿٧﴾
8. Mbega, Twebwe Allah Ntitwamuhaye amaso abiri abonesha!	أَلَمْ نَجْعَل لَّهُۥ عَيْنَيْنِ ﴿٨﴾
9. Tumuha n'ururimi hamwe n'iminwa ibiri, kugira ashobore gutomora ijambo!	وَلِسَانًا وَشَفَتَيْنِ ﴿٩﴾
10. Dutako Turamumenyesha Tumutomorera inzira zibiri, iy'iciza n'iy'ikibi, kugira ngo yihitiremwo!	وَهَدَيْنَٰهُ ٱلنَّجْدَيْنِ ﴿١٠﴾
11. Mbega, ubwo ntiyotanga amatungo yiwe akabona kuruhuka umuruho wo mu buzima bw'inyuma yo gupfa!	فَلَا ٱقْتَحَمَ ٱلْعَقَبَةَ ﴿١١﴾
12. Ni igiki cokumenyesha ico ari co umuruho wo mu buzima bw'inyuma yo gupfa n'icowugukiza!	وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا ٱلْعَقَبَةُ ﴿١٢﴾
13. Ni uguha umugurano w'umwemeramana ubwigenge;	فَكُّ رَقَبَةٍ ﴿١٣﴾
14. Canke ugufungurira mu gihe c'inzara izura inzara;	أَوْ إِطْعَٰمٌ فِى يَوْمٍ ذِى مَسْغَبَةٍ ﴿١٤﴾
15. Impfuvyi ya hafi mu muryango[1];	يَتِيمًا ذَا مَقْرَبَةٍ ﴿١٥﴾
16. Canke umworo ata co yimariye (ata gira shinge na rugero).	أَوْ مِسْكِينًا ذَا مَتْرَبَةٍ ﴿١٦﴾
17. Inyuma yo gukora ivyo vyose, umuntu akaba ari mu bemeramana, bahanurana kwihanganira kwumvira Imana Allah no kutayigabitanyiriza, bakanahanurana kugirira impuhwe ibiremwa.	ثُمَّ كَانَ مِنَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَتَوَاصَوْا۟ بِٱلصَّبْرِ وَتَوَاصَوْا۟ بِٱلْمَرْحَمَةِ ﴿١٧﴾
18. Abo barangwa n'ivyo rero, ni bo bantu bo mu ruhande rw'iburyo, bazoruhukira mu Bwami bw'ijuru.	أُو۟لَٰٓئِكَ أَصْحَٰبُ ٱلْمَيْمَنَةِ ﴿١٨﴾
19. Nayo abagararije Aayah zacu za Qor'ani, abo ni bo bantu bo mu ruhande rw'ibubamfu;	وَٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ بِـَٔايَٰتِنَا هُمْ أَصْحَٰبُ ٱلْمَشْـَٔمَةِ ﴿١٩﴾
20. Bazoba bapfundikiriwe mu muriro ubakikuje ku mpande zose.	عَلَيْهِمْ نَارٌ مُّؤْصَدَةٌ ﴿٢٠﴾

91. As-Shams (Izuba)
Aayah 15, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Jewe Allah, Ndarahiye ku zuba no ku muco waryo mu gitondo!	وَٱلشَّمْسِ وَضُحَىٰهَا ﴿١﴾

[1] Ugaheza ukaronka indishi zo gutanga imperezwa n'izo kwunga ubuvandimwe.

2. No ku kwezi iyo gukurikiye izuba rirenze n'iyo riserutse!	وَٱلْقَمَرِ إِذَا تَلَىٰهَا ﴿٢﴾
3. No ku murango iyo hakeye, umwijima w'ijoro ugaherengetera!	وَٱلنَّهَارِ إِذَا جَلَّىٰهَا ﴿٣﴾
4. No kw'ijoro iyo ripfutse isi hakijima!	وَٱلَّيْلِ إِذَا يَغْشَىٰهَا ﴿٤﴾
5. No kw'ijuru n'ukuntu ryubatse!	وَٱلسَّمَآءِ وَمَا بَنَىٰهَا ﴿٥﴾
6. No kw'isi n'ukuntu ishashe, kugira ibiremwa bishobore kuyibako!	وَٱلْأَرْضِ وَمَا طَحَىٰهَا ﴿٦﴾
7. No ku mushaha w'ikiremwa ico ari co cose n'ukuntu watunganijwe n'Imana Allah!	وَنَفْسٍ وَمَا سَوَّىٰهَا ﴿٧﴾
8. Igaheza Ikawumenyesha mu kuwutomorera inzira y'inabi n'iy'ineza!	فَأَلْهَمَهَا فُجُورَهَا وَتَقْوَىٰهَا ﴿٨﴾
9. Ni ukuri yaratsinze, uwejeje umushaha agakora ivyiza.	قَدْ أَفْلَحَ مَن زَكَّىٰهَا ﴿٩﴾
10. Kandi ni ukuri yarahomvye ubuzima bwiwe, uwasibije umushaha agakora ivyaha.	وَقَدْ خَابَ مَن دَسَّىٰهَا ﴿١٠﴾
11. Bene Thamuudi barahakanye Intumwa y'Imana Swalehe (nyakugira amahoro y'Imana Allah), kubera ukwimonogoza kwabo mu gukora ivyaha;	كَذَّبَتْ ثَمُودُ بِطَغْوَىٰهَآ ﴿١١﴾
12. Igihe hiyadukiza inkozi y'ikibi muri bo[1] kugira ice imitsi ingamiya;	إِذِ ٱنۢبَعَثَ أَشْقَىٰهَا ﴿١٢﴾
13. Intumwa y'Imana Swalehe (nyakugira amahoro y'Imana Allah), iraheza ibabwira iti: "Mwoye gukomakoma ingamiya yarungitswe n'Imana Allah, mwiyubare kuyivogera ku musi wayo yagenewe gushoka kunywa".	فَقَالَ لَهُمْ رَسُولُ ٱللَّهِ نَاقَةَ ٱللَّهِ وَسُقْيَىٰهَا ﴿١٣﴾
14. Maze barayigarariza batako baraca imitsi ya nya ngamiya. Imana yabo Rurema Allah Ica Irabahana, Irabahonya bose ata n'umwe arokotse, kubera ibicumuro vyabo.	فَكَذَّبُوهُ فَعَقَرُوهَا فَدَمْدَمَ عَلَيْهِمْ رَبُّهُم بِذَنۢبِهِمْ فَسَوَّىٰهَا ﴿١٤﴾
15. Kandi Imana Allah, ntitinya inkurikizi z'ibihano Yabahaye.	وَلَا يَخَافُ عُقْبَىٰهَا ﴿١٥﴾

92. Al-Layli (Ijoro)
Aayah 21, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Jewe Allah, Ndarahiye kw'ijoro iyo ripfutse ibintu vyose kw'isi!	وَٱلَّيْلِ إِذَا يَغْشَىٰ ﴿١﴾
2. No ku murango iyo hakeye, hakabona!	وَٱلنَّهَارِ إِذَا تَجَلَّىٰ ﴿٢﴾
3. No kw'irema ry'igitsina-gabo n'igitsina-gore!	وَمَا خَلَقَ ٱلذَّكَرَ وَٱلْأُنثَىٰٓ ﴿٣﴾

[1] Yitwa Kubaru mwene Salifu.

4. Bantu! Mu vy'ukuri ibikorwa vyanyu biri kwinshi; muri mwebwe harimwo uwukorera isi, hakabamwo n'uwukorera ubuzima bw'inyuma yo gupfa.	إِنَّ سَعۡيَكُمۡ لَشَتَّىٰ ٤
5. Uwo wese rero azotanga atiziganya mu matungo yiwe ku bw'Imana Allah, akanagamburuka;	فَأَمَّا مَنۡ أَعۡطَىٰ وَٱتَّقَىٰ ٥
6. Akanemera ijambo "LAA ILAAHA ILLA LLAAH[1]", ivyo ryigisha, ivyo risaba n'indishi zaryo;	وَصَدَّقَ بِٱلۡحُسۡنَىٰ ٦
7. Uyo rero Twebwe Allah, Tuzomworohereza mu buzima bwo kw'isi, Tunamushoboze gukora ivyiza bimushikana mu Bwami bw'ijuru.	فَسَنُيَسِّرُهُۥ لِلۡيُسۡرَىٰ ٧
8. Nayo uwuzoba ingumyi mu gutanga, ntanakenere indishi ku Mana Allah;	وَأَمَّا مَنۢ بَخِلَ وَٱسۡتَغۡنَىٰ ٨
9. Agahakana n'ijambo "LAA ILAAHA ILLA LLAAH", ivyo ryigisha, ivyo risaba n'indishi zaryo;	وَكَذَّبَ بِٱلۡحُسۡنَىٰ ٩
10. Uyo, Twebwe Allah Tuzomworohereza gukora ibimushikana ku magorwa yo mu muriro udahera;	فَسَنُيَسِّرُهُۥ لِلۡعُسۡرَىٰ ١٠
11. Amatungo yiwe, nta n'ico azomumarira igihe yahanantukiye mu muriro udahera.	وَمَا يُغۡنِي عَنۡهُ مَالُهُۥٓ إِذَا تَرَدَّىٰٓ ١١
12. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Tujejwe kwerekana inzira igororotse iganisha mu Bwami bw'ijuru.	إِنَّ عَلَيۡنَا لَلۡهُدَىٰ ١٢
13. Kandi mu vy'ukuri, ni Twe Tugaba Tukaganza ubuzima bw'inyuma yo gupfa n'ubwo kw'isi.	وَإِنَّ لَنَا لَلۡأٓخِرَةَ وَٱلۡأُولَىٰ ١٣
14. Ni na co gituma Ndababuriye - bantu - Ndanabatinyisha n'ibihano vyo mu muriro ururumba.	فَأَنذَرۡتُكُمۡ نَارٗا تَلَظَّىٰ ١٤
15. Nta wuwinjiramwo ubutavayo atari uwimonogoje mu bugarariji;	لَا يَصۡلَىٰهَآ إِلَّا ٱلۡأَشۡقَى ١٥
16. Uwuhakana Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), agaheza akagenza umugongo yirengagiza ukwemera Imana Allah n'Intumwa yayo.	ٱلَّذِي كَذَّبَ وَتَوَلَّىٰ ١٦
17. Hazokwegezwa kure y'uwo muriro, uwugamburukira Imana Allah bikwiye;	وَسَيُجَنَّبُهَا ٱلۡأَتۡقَى ١٧
18. Uwutanga amatungo yiwe ku bw'Imana Allah, arondera kubandanya yiyeza;	ٱلَّذِي يُؤۡتِي مَالَهُۥ يَتَزَكَّىٰ ١٨
19. Kandi nta n'umwe agirira ineza mu ntumbero yo gusubirizwa mu ndumane;	وَمَا لِأَحَدٍ عِندَهُۥ مِن نِّعۡمَةٖ تُجۡزَىٰٓ ١٩
20. Ariko agira ineza arondera gushimwa n'Imana yiwe Rurema Allah, Nyenicubahiro-ntangere.	إِلَّا ٱبۡتِغَآءَ وَجۡهِ رَبِّهِ ٱلۡأَعۡلَىٰ ٢٠
21. Kandi nta kibuza ko azoshima impera n'inema zayo mu Bwami bw'ijuru.	وَلَسَوۡفَ يَرۡضَىٰ ٢١

[1] Nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Imwe Rudende Allah.

93. Ad-Dwuhaa (Umutaga)
Aayah 11, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye ku gihe c'umutaga! وَٱلضُّحَىٰ ١

2. No kw'ijoro iyo ripfutse ibiremwa bigaturura! وَٱلَّيۡلِ إِذَا سَجَىٰ ٢

3. Ko Imana yawe Rurema Allah Itaguhevye Muvugishwamana; kandi ko Itanagushavuriye ku guteba kw'ihishurirwa rya Qor'ani. مَا وَدَّعَكَ رَبُّكَ وَمَا قَلَىٰ ٣

4. Nta nkeka rero ko ubuzima bwawe bw'inyuma yo gupfa, ari bwiza kurusha ubwo kw'isi. وَلَلۡأٓخِرَةُ خَيۡرٞ لَّكَ مِنَ ٱلۡأُولَىٰ ٤

5. Kandi nta nkeka ko Imana yawe Rurema Allah, Izoguha vyinshi uzoheza ugashima. وَلَسَوۡفَ يُعۡطِيكَ رَبُّكَ فَتَرۡضَىٰٓ ٥

6. Muvugishwamana! Mbega, Imana Allah ntiyagusanze uri impfuvyi, Ikakubungabunga! أَلَمۡ يَجِدۡكَ يَتِيمٗا فَـَٔاوَىٰ ٦

7. Igusanga utazi ico ari co Igitabu, n'ico ari co ukwemera! Iraheza Irakwigisha ivyo utari uzi, Inagushoboza gukora n'ivyiza bitegetswe! وَوَجَدَكَ ضَآلّٗا فَهَدَىٰ ٧

8. Igusanga ukenye maze Iragukenura, Iguha ukwihangana no kubumbwa n'ivyo ufise! وَوَجَدَكَ عَآئِلٗا فَأَغۡنَىٰ ٨

9. Kubera ivyo rero, ntukaryagumbe impfuvyi ngo uyihahaze. فَأَمَّا ٱلۡيَتِيمَ فَلَا تَقۡهَرۡ ٩

10. Nayo uwusavye gufashwa canke kwigishwa, ntukamuburabuze, ahubwo muhe unamutunganirize; وَأَمَّا ٱلسَّآئِلَ فَلَا تَنۡهَرۡ ١٠

11. Nayo inema z'Imana yawe Rurema Allah, ziyage ushima. وَأَمَّا بِنِعۡمَةِ رَبِّكَ فَحَدِّثۡ ١١

94. As-Sharhi (Ukwagurirwa igikiriza)
Aayah 8, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Muvugishwamana! Mbega, Twebwe Allah, ntitwakwaguriye igikiriza cawe mu kuguha ukwihangana, kugira ushobore kwakira ubutumwa no kubushikiriza! أَلَمۡ نَشۡرَحۡ لَكَ صَدۡرَكَ ١

2. Turaheza Tugukurako umutwaro (w'uko abantu bawe warungitsweko batotumbera inzira)! وَوَضَعۡنَا عَنكَ وِزۡرَكَ ٢

3. Umutwaro wari uremereye umugongo wawe; ٱلَّذِيٓ أَنقَضَ ظَهۡرَكَ ٣

4. Gutyo, ku kubera imigenzo myiza wahawe, Tukudugiriza icubahiro. وَرَفَعۡنَا لَكَ ذِكۡرَكَ ٤

5. Ntuzobuzwe rero n'ibangamirwa ry'abakwanka, gushikiriza ubutumwa. Burya mu vy'ukuri, akaga n'agahengwe biragendana.

فَإِنَّ مَعَ ٱلْعُسْرِ يُسْرًا ۝٥

6. Burya mu vy'ukuri, akaga n'agahengwe biragendana.

إِنَّ مَعَ ٱلْعُسْرِ يُسْرًا ۝٦

7. Kubera ivyo rero, iyo uhejeje gutunganya ibikenewe mu vy'isi, senga ushimire Imana Allah;

فَإِذَا فَرَغْتَ فَٱنصَبْ ۝٧

8. Unatakambe cane urondera ibiri ku Mana yawe Rurema Allah.

وَإِلَىٰ رَبِّكَ فَٱرْغَب ۝٨

95. At-Tiin (Itini)
Aayah 8, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye kuri "Tiini" na "Zayituuni[1]" (vyahezagiwe)!

وَٱلتِّينِ وَٱلزَّيْتُونِ ۝١

2. No ku musozi wa Sinayi, ari na ho Intumwa Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), yavuganiye n'Imana Allah ukuri kwamye!

وَطُورِ سِينِينَ ۝٢

3. No kuri iki gisagara ca Makka gitekanye!

وَهَٰذَا ٱلْبَلَدِ ٱلْأَمِينِ ۝٣

4. Ni ukuri Twebwe Allah, Twaremye umuntu mw'ishusho ryiza cane;

لَقَدْ خَلَقْنَا ٱلْإِنسَٰنَ فِىٓ أَحْسَنِ تَقْوِيمٍ ۝٤

5. Hanyuma Tumusubiza mu muriro udahera, mu gihe atokwumvira Imana Allah agakurikira n'Intumwa zayo.

ثُمَّ رَدَدْنَٰهُ أَسْفَلَ سَٰفِلِينَ ۝٥

6. Ariko rero abemeye Imana Allah n'Intumwa bakanakora n'ivyiza bitegetswe, barategekanirijwe impembo itagabanijwe, idahera.

إِلَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّٰلِحَٰتِ فَلَهُمْ أَجْرٌ غَيْرُ مَمْنُونٍ ۝٦

7. Muntu! None ni igiki gituma inyuma y'ivyo vyose, uhakana wivuye inyuma umusi w'impera!

فَمَا يُكَذِّبُكَ بَعْدُ بِٱلدِّينِ ۝٧

8. Mbega burya Imana Allah, Yategekanije umusi wo gutunganiriza ibiremwa, si Yo Nyene kugira ubutungane bubereye ku biremwa vyayo gusumba abacamanza bose! Yobuzwa n'iki! Ego cane, ni Yo!

أَلَيْسَ ٱللَّهُ بِأَحْكَمِ ٱلْحَٰكِمِينَ ۝٨

96. Al'Alaq (Amaraso avuze)
Aayah 19, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Muvugishwamana! Soma ivyo wahishuriwe muri Qor'ani, maze utangure kw'izina ry'Imana yawe Allah Yaremye;

ٱقْرَأْ بِٱسْمِ رَبِّكَ ٱلَّذِى خَلَقَ ۝١

[1] Tiini na Zayituuni, ni ubwoko bw'ivyamwa.

2. Yaremye zina kiremwa-muntu mu maraso avuze.	خَلَقَ ٱلۡإِنسَٰنَ مِنۡ عَلَقٍ ۝٢
3. Muvugishwamana! Soma ivyo wahishuriwe muri Qor'ani, wizeye ko Imana yawe Rurema Allah ari Yo Mugiraneza-ntangere;	ٱقۡرَأۡ وَرَبُّكَ ٱلۡأَكۡرَمُ ۝٣
4. Yigishije ibiremwa kwandika n'ikaramu;	ٱلَّذِي عَلَّمَ بِٱلۡقَلَمِ ۝٤
5. Yigishije kiremwa-muntu ivyo kitari kizi, Iraheza Igikura mu muzimagiza w'ubujuju Igishira mu muco w'ubumenyi.	عَلَّمَ ٱلۡإِنسَٰنَ مَا لَمۡ يَعۡلَمۡ ۝٥
6. Si ivy'imbeshere ko umuntu yama yarenze ku mabwirizwa y'Imana Allah ku bwishime;	كَلَّآ إِنَّ ٱلۡإِنسَٰنَ لَيَطۡغَىٰٓ ۝٦
7. Abitewe n'uko abonye yamaze kwikenura agatunga;	أَن رَّءَاهُ ٱسۡتَغۡنَىٰٓ ۝٧
8. Mu vy'ukuri uburuhukiro bwiwe, ni ku Mana yawe Rurema Allah, Izomuhembera ivyo yakoze.	إِنَّ إِلَىٰ رَبِّكَ ٱلرُّجۡعَىٰٓ ۝٨
9. Mbega, warabonye igitangaje kurusha umuntu[1] aburabuza;	أَرَءَيۡتَ ٱلَّذِي يَنۡهَىٰ ۝٩
10. Umuja[2] w'Imana Allah mu gihe ariko arasenga!	عَبۡدًا إِذَا صَلَّىٰٓ ۝١٠
11. Mbega, ubona gute mu gihe uyo aburabuzwa ugusenga, yoba ari mu nzira igororotse!	أَرَءَيۡتَ إِن كَانَ عَلَى ٱلۡهُدَىٰٓ ۝١١
12. Canke akaba ariko arabwiriza gukora iciza c'igamburukiramana!	أَوۡ أَمَرَ بِٱلتَّقۡوَىٰٓ ۝١٢
13. Mbega, ubona gute mu gihe uyo aburabuza ugusenga, yoba ahakana ubutumwa, akagenza umugongo yirengagiza ukwemera Allah!	أَرَءَيۡتَ إِن كَذَّبَ وَتَوَلَّىٰٓ ۝١٣
14. Mbega, ntazi neza ko Imana Allah Ibona ivyo akora!	أَلَمۡ يَعۡلَم بِأَنَّ ٱللَّهَ يَرَىٰ ۝١٤
15. Nateshwe ate, arahumba! Ni ukuri, ataretse kurwanya Intumwa, Tuzomufatira mu ruhanga, maze Tumujungunyire mu muriro;	كَلَّا لَئِن لَّمۡ يَنتَهِ لَنَسۡفَعَۢا بِٱلنَّاصِيَةِ ۝١٥
16. Uruhanga rw'umubeshi, umunyavyaha;	نَاصِيَةٖ كَٰذِبَةٍ خَاطِئَةٖ ۝١٦
17. Arahamagara rero abateramyi biwe baze bamutabare;	فَلۡيَدۡعُ نَادِيَهُۥ ۝١٧
18. Na Twe Allah, Tuzoheza Duhamagare abamalayika b'ibihangange "Al-Zabaaniya";	سَنَدۡعُ ٱلزَّبَانِيَةَ ۝١٨
19. Ntumwa y'Imana! Nateshwe ate, arahumba mu kwibaza ko azoguturatuza. Ntukamwumvire ngo ureke gusenga, tsimbatara ku kwubamira Imana Allah, uheze ubandanye uyiyegereze unikundwakaze kuri Yo.	كَلَّا لَا تُطِعۡهُ وَٱسۡجُدۡ وَٱقۡتَرِب ۩ ۝١٩

[1] Ni umuhakanyi yarwanije cane Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yitwa Abu Jahli.
[2] Yaburabuje umuja w'Imana Muhamadi gusenga.

97. Al-Qadri (Ijoro ry'iteka)
Aayah 5, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Mu vy'ukuri Twebwe Allah, Twamanuye Qor'ani mw'ijoro ry'iteka nta ngere mu kwezi kwa Ramadhani.

إِنَّآ أَنزَلْنَٰهُ فِى لَيْلَةِ ٱلْقَدْرِ ﴿١﴾

2. Ntumwa y'Imana! Ni igiki cokumenyesha ico ari co ijoro ry'iteka nta ngere?

وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا لَيْلَةُ ٱلْقَدْرِ ﴿٢﴾

3. Ijoro ry'iteka nta ngere, ni ijoro iciza gikozwe muri ryo, gisumba mu ndishi iciza gikozwe mu mezi igihumbi atagiramwo iryo joro[1].

لَيْلَةُ ٱلْقَدْرِ خَيْرٌ مِّنْ أَلْفِ شَهْرٍ ﴿٣﴾

4. Muri ryo, hamanuka abamalayika ku bwinshi bari kumwe na Mutimamweranda Jibrili, kw'itegeko ry'Imana yabo Rurema Allah, bagaheza bakerekwa n'ivyagezwe vyose vyo muri uwo mwaka.

تَنَزَّلُ ٱلْمَلَٰٓئِكَةُ وَٱلرُّوحُ فِيهَا بِإِذْنِ رَبِّهِم مِّن كُلِّ أَمْرٍ ﴿٤﴾

5. Iryo joro rero, ni amahoro masa gushika umutwenzi ukitse.

سَلَٰمٌ هِىَ حَتَّىٰ مَطْلَعِ ٱلْفَجْرِ ﴿٥﴾

98. Al-Bayyinah (Icemeza)
Aayah 8, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Abagararije mu bahawe Igitabu no mu babangikanyamana, ntibari kugera aho bavavanura n'ubugarariji, kugeza bashikiriwe n'icemeza kiboneka;

لَمْ يَكُنِ ٱلَّذِينَ كَفَرُوا۟ مِنْ أَهْلِ ٱلْكِتَٰبِ وَٱلْمُشْرِكِينَ مُنفَكِّينَ حَتَّىٰ تَأْتِيَهُمُ ٱلْبَيِّنَةُ ﴿١﴾

2. Ico cemeza, ni Intumwa ivuye ku Mana Allah, yaje ibasomera Qor'ani yanditswe ku mpapuro zitagiramwo agasembwa, zisukuye.

رَسُولٌ مِّنَ ٱللَّهِ يَتْلُوا۟ صُحُفًا مُّطَهَّرَةً ﴿٢﴾

3. Harimwo ibimenyetso n'amategeko atomoye, arongora mu nzira igororotse.

فِيهَا كُتُبٌ قَيِّمَةٌ ﴿٣﴾

4. Abahawe Igitabu, ntibiciyemwo imigwi ku vyerekeye ukwemera umuzo w'Intumwa Muhamadi[2], kiretse inyuma y'aho bashikiriwe n'icemeza kiboneka, cemeza ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana), ari yo Ntumwa y'Imana Allah basezeraniwe mu Bitabu vyabo.

وَمَا تَفَرَّقَ ٱلَّذِينَ أُوتُوا۟ ٱلْكِتَٰبَ إِلَّا مِنۢ بَعْدِ مَا جَآءَتْهُمُ ٱلْبَيِّنَةُ ﴿٤﴾

---

[1] Iyo ni impano, Imana Allah Yageneye gusa abantu barungikiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

[2] Abahawe Igitabu, bari basanzwe bazi neza ibiranga Intumwa igiye kuza, baranemera ko ari Intumwa y'ukuri bisunze ibiyiranga, ariko iyo Ntumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana) imaze kuza, bariciyemwo imigwi; muri bo hari abayemeye baranayikurikira, hari n'abayihakanye baranayirwanya biturutse kw'ishari n'akarenganyo.

5. Nta n'ikindi bategetswe gukora mu mabwirizwa bahawe, atari ukwiyegereza Imana Allah mu vyo bakora vyose banayisenga ari Imwe Rudende, beze idini ryayo batayibangikanya, batsimbataze n'amasengesho ku mwanya, banatange n'ishikanwa-bwirizwa. Iryo rero, ni ryo dini ry'ukuri, ni na bwo bwislamu.

وَمَآ أُمِرُوٓاْ إِلَّا لِيَعۡبُدُواْ ٱللَّهَ مُخۡلِصِينَ لَهُ ٱلدِّينَ حُنَفَآءَ وَيُقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَيُؤۡتُواْ ٱلزَّكَوٰةَۚ وَذَٰلِكَ دِينُ ٱلۡقَيِّمَةِ ٥

6. Mu vy'ukuri, abagararije mu bahawe Igitabu n'ababangikanyamana, bazohanwa mu muriro wa Jahannamu, bazowubamwo ibihe bidahera. Abo rero, ni bo babi cane mu biremwa.

إِنَّ ٱلَّذِينَ كَفَرُواْ مِنۡ أَهۡلِ ٱلۡكِتَٰبِ وَٱلۡمُشۡرِكِينَ فِي نَارِ جَهَنَّمَ خَٰلِدِينَ فِيهَآۚ أُوْلَٰٓئِكَ هُمۡ شَرُّ ٱلۡبَرِيَّةِ ٦

7. Mu vy'ukuri, abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bagakora n'ivyiza bitegetswe; abo rero, ni bo beza cane mu biremwa;

إِنَّ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ أُوْلَٰٓئِكَ هُمۡ خَيۡرُ ٱلۡبَرِيَّةِ ٧

8. Impembo yabo ku Mana yabo Rurema Allah, ni imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru rya "Adeni", musi y'inyubakwa n'ibiti vyabwo hatemba inzuzi, bazobubamwo ibihe bidahera, mu nema zamaho. Imana Allah Yarabashimiye ku vyo bakoze, na bo nyene barayishimiye ku mpera Yabageneye. Iyo, ni yo mpembo y'uwatinye gucumura ku Mana yiwe Rurema Allah.

جَزَآؤُهُمۡ عِندَ رَبِّهِمۡ جَنَّٰتُ عَدۡنٖ تَجۡرِي مِن تَحۡتِهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدٗاۖ رَّضِيَ ٱللَّهُ عَنۡهُمۡ وَرَضُواْ عَنۡهُۚ ذَٰلِكَ لِمَنۡ خَشِيَ رَبَّهُۥ ٨

99. Az-Zalzalah (Kugigima kw'isi)
Aayah 8, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Igihe isi yanyiganyijwe nya kunyiganyizwa;

إِذَا زُلۡزِلَتِ ٱلۡأَرۡضُ زِلۡزَالَهَا ١

2. Maze isi igasohora ibiri muri yo vyose; abapfuye hamwe n'ubutare;

وَأَخۡرَجَتِ ٱلۡأَرۡضُ أَثۡقَالَهَا ٢

3. Umuntu akicwa n'ubwoba n'akantu abaza ati: "Mbega yemwe! Isi yashikiwe n'iki?".

وَقَالَ ٱلۡإِنسَٰنُ مَا لَهَا ٣

4. Uwo musi, isi izoshikiriza inkuru z'ivyayikoreweko vyose; vyaba ivyiza canke ibibi;

يَوۡمَئِذٖ تُحَدِّثُ أَخۡبَارَهَا ٤

5. Kuko Imana yawe Rurema Allah Yayitegetse.

بِأَنَّ رَبَّكَ أَوۡحَىٰ لَهَا ٥

6. Uwo musi, abantu bazozuka bari imigwimigwi, kugira berekwe n'Imana Allah ibikorwa vyabo, Inabibahembere.

يَوۡمَئِذٖ يَصۡدُرُ ٱلنَّاسُ أَشۡتَاتٗا لِّيُرَوۡاْ أَعۡمَٰلَهُمۡ ٦

7. Uwo wese rero akora iciza n'aho coba kingana n'akanyegeri, azobona indishi yaco mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

فَمَن يَعۡمَلۡ مِثۡقَالَ ذَرَّةٍ خَيۡرٗا يَرَهُۥ ٧

8. N'uwukora ikibi n'aho coba kingana n'akanyegeri, na co nyene azobona igihano caco mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

وَمَن يَعۡمَلۡ مِثۡقَالَ ذَرَّةٖ شَرّٗا يَرَهُۥ ٨

100. Al'Aadiyaat (Ifarasi)
Aayah 11, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Jewe Allah, Ndarahiye kw'ifarasi zirukanga zihezuka mu gutera umwansi ku rugamba rwo guharanira Imana Allah! وَٱلْعَٰدِيَٰتِ ضَبْحًا ①

2. N'iziruka ibinono bigacira amasase! فَٱلْمُورِيَٰتِ قَدْحًا ②

3. N'izitera umwansi mu gitondo! فَٱلْمُغِيرَٰتِ صُبْحًا ③

4. Maze zigasura intumo mu kwiruka! فَأَثَرْنَ بِهِۦ نَقْعًا ④

5. Zigana hagati y'abansi! فَوَسَطْنَ بِهِۦ جَمْعًا ⑤

6. Mu vy'ukuri, umuntu ni intashima y'inema z'Imana yiwe Rurema Allah. إِنَّ ٱلْإِنسَٰنَ لِرَبِّهِۦ لَكَنُودٌ ⑥

7. Mu vy'ukuri na we nyene kuri ivyo, ni icabona. وَإِنَّهُۥ عَلَىٰ ذَٰلِكَ لَشَهِيدٌ ⑦

8. Mu vy'ukuri, umuntu mu gukunda amatungo ararengeje. وَإِنَّهُۥ لِحُبِّ ٱلْخَيْرِ لَشَدِيدٌ ⑧

9. Mbega umuntu ntazi ibizoba bimurindiriye, igihe Imana Allah Yazuye abapfuye bava mu mva zabo kugira baharurirwe; ۞أَفَلَا يَعْلَمُ إِذَا بُعْثِرَ مَا فِى ٱلْقُبُورِ ⑨

10. Hakanerekanwa n'ibiri mu mishaha (ivyiza canke ibibi)! وَحُصِّلَ مَا فِى ٱلصُّدُورِ ⑩

11. Mu vy'ukuri Imana yabo Rurema, kuri uwo musi, Irazi neza ivyo bakoze, nta na kimwe Iyobewe. إِنَّ رَبَّهُم بِهِمْ يَوْمَئِذٍ لَّخَبِيرٌۢ ⑪

101. Al-Qaari'ah (Umusi nkuramutima)
Aayah 11, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Umusi nkuramutima. ٱلْقَارِعَةُ ①

2. Mbega, ni igiki umusi nkuramutima? مَا ٱلْقَارِعَةُ ②

3. Ni igiki cokumenyesha ico ari co umusi nkuramutima? وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا ٱلْقَارِعَةُ ③

4. Ni umusi, abantu bazozuka batagira iyo baja n'iyo bava, bashwiragiye nk'ibinyugunyugu bishwiragijwe; يَوْمَ يَكُونُ ٱلنَّاسُ كَٱلْفَرَاشِ ٱلْمَبْثُوثِ ④

5. N'imisozi ikaba nk'ubwoya bw'isufi[1] busanzajwe, butumuriwe hejuru n'umuyaga. وَتَكُونُ ٱلْجِبَالُ كَٱلْعِهْنِ ٱلْمَنفُوشِ ⑤

6. Uwo wese rero, ivyiza vyiwe bizoremera ku munzani; فَأَمَّا مَن ثَقُلَتْ مَوَٰزِينُهُۥ ⑥

[1] Isufi, ni ubwoya bw'intama canke ubw'agakwavu.

7. Uyo, ni we azoba mu buzima bushimishije mu Bwami bw'ijuru.	فَهُوَ فِي عِيشَةٍ رَّاضِيَةٍ ۝٧
8. Nayo uwo ivyiza vyiwe bizohwahuka ku munzani;	وَأَمَّا مَنْ خَفَّتْ مَوَازِينُهُۥ ۝٨
9. Uyo rero, uburuhukiro bwiwe ni mu manga ihonya.	فَأُمُّهُۥ هَاوِيَةٌ ۝٩
10. Mbega none, ni igiki cokumenyesha ico ari co imanga ihonya?	وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا هِيَهْ ۝١٠

102. At-Takaathur (Ukwegeranya)
Aayah 8, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Mwasamajwe n'ukwihaya ku bwinshi bw'amatungo n'ibibondo, muraheza mureka kugamburukira Imana Allah!	أَلْهَىٰكُمُ ٱلتَّكَاثُرُ ۝١
2. Mugashishikara gusamazwa n'ivyo, gushika n'aho mushengereye mugahambwa mu mva.	حَتَّىٰ زُرْتُمُ ٱلْمَقَابِرَ ۝٢
3. Nimuteshwe mute, murahumba! Ivyo ntibikwiye kubasamaza namba! Nimwikebuke, ubu vuba bwango muzomenya ko ubuzima bw'inyuma yo gupfa ari bwo bwiza kuri mwebwe.	كَلَّا سَوْفَ تَعْلَمُونَ ۝٣
4. Eka nimuteshwe mute, murahumba! Nimwikebuke, ubu vuba bwango muzomenya inkurikizi mbi z'ukutumvira Imana Allah.	ثُمَّ كَلَّا سَوْفَ تَعْلَمُونَ ۝٤
5. Eka nimuteshwe mute! Iyo mumenya vy'ukuri ibibafitiye akamaro, mworetse kwihaya ku vy'isi, mukihutira nyabuna gukora ivyiza.	كَلَّا لَوْ تَعْلَمُونَ عِلْمَ ٱلْيَقِينِ ۝٥
6. Ni ukuri muzobona umuriro ururumba.	لَتَرَوُنَّ ٱلْجَحِيمَ ۝٦
7. Kandi ni ukuri, muzowubona ukuri kwamye.	ثُمَّ لَتَرَوُنَّهَا عَيْنَ ٱلْيَقِينِ ۝٧
8. Hanyuma, ni ukuri kuri uwo musi w'impera, muzobazwa ku nema z'ubwoko bwose ico mwazikoresheje.	ثُمَّ لَتُسْـَٔلُنَّ يَوْمَئِذٍ عَنِ ٱلنَّعِيمِ ۝٨

103. Al'Aswr (Igihe)
Aayah 3, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.	بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ
1. Jewe Allah, Ndarahiye ku gihe, kubera ibitangaza birimwo vyerekana ubushobozi bwanje!	وَٱلْعَصْرِ ۝١
2. Ko mu vy'ukuri, zina kiremwa-muntu kiri mu ruhombo;	إِنَّ ٱلْإِنسَٰنَ لَفِي خُسْرٍ ۝٢

3. Kiretse abemeye Imana Allah bagakora n'ivyiza bitegetswe, bagahanurana no kwama bashigikiye bagendera ukuri, bakanahanurana kwihangana muri ivyo vyose.

إِلَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَتَوَاصَوْاْ بِٱلْحَقِّ وَتَوَاصَوْاْ بِٱلصَّبْرِ ۝٣

104. Al-Humazah (Uwukwiragiza insaku)
Aayah 9, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Uguhanwa nya guhanwa, ni ukw'uwo wese anegura akandagaza abantu, akwiragiza insaku (gateranya);

وَيْلٌ لِّكُلِّ هُمَزَةٍ لُّمَزَةٍ ۝١

2. Yishinga kwegeranya amatungo no kuyaharura kenshi.

ٱلَّذِى جَمَعَ مَالًا وَعَدَّدَهُۥ ۝٢

3. Mbega yibaza ko amatungo yiwe azomubeshaho ibihe bidahera akanamukingira iharurirwa!

يَحْسَبُ أَنَّ مَالَهُۥٓ أَخْلَدَهُۥ ۝٣

4. Nateshwe ate, arahumba! Ni ukuri uyo muntu, azojugunywa muri ruyonza.

كَلَّا لَيُنۢبَذَنَّ فِى ٱلْحُطَمَةِ ۝٤

5. Ntumwa y'Imana! Mbega, ni igiki cokumenyesha ico ari co ruyonza?

وَمَآ أَدْرَىٰكَ مَا ٱلْحُطَمَةُ ۝٥

6. Ni umuriro w'Imana Allah wama wegenyejwe;

نَارُ ٱللَّهِ ٱلْمُوقَدَةُ ۝٦

7. Unyengetera mu mishaha.

ٱلَّتِى تَطَّلِعُ عَلَى ٱلْأَفْـِٔدَةِ ۝٧

8. Mu vy'ukuri, uwo muriro urabakikuje mu mpande zose;

إِنَّهَا عَلَيْهِم مُّؤْصَدَةٌ ۝٨

9. Bazoba baboheshejwe iminyororo miremire n'amapingu; ntibazocaruka na gato.

فِى عَمَدٍ مُّمَدَّدَةٍۭ ۝٩

105. Al-Fiil (Inzovu)
Aayah 5, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ntumwa y'Imana! Mbega, ntiwamenye ingene Imana yawe Rurema Allah Yagize beninzovu[1]!

أَلَمْ تَرَ كَيْفَ فَعَلَ رَبُّكَ بِأَصْحَٰبِ ٱلْفِيلِ ۝١

2. Umugambi wabo mubi, ntiyawugize impfagusa ukaburizwamwo!

أَلَمْ يَجْعَلْ كَيْدَهُمْ فِى تَضْلِيلٍ ۝٢

3. Iraheza Ibarungikira inyoni ziri mu migwimigwi;

وَأَرْسَلَ عَلَيْهِمْ طَيْرًا أَبَابِيلَ ۝٣

4. Zibatera amabuye yokeje, ziraheza zirabahonya.

تَرْمِيهِم بِحِجَارَةٍ مِّن سِجِّيلٍ ۝٤

5. Maze Ibagira nk'ivyatsi vyarishijwe n'intungwa hanyuma iravyuza, iraheza ibita ari amahenehene.

فَجَعَلَهُمْ كَعَصْفٍ مَّأْكُولٍۭ ۝٥

[1] Abraha Al-Habashiy, umutware wo muri Etiyopiya n'ingabo ziwe, igihe bashaka gusenyura Al-Ka'ba.

106. Quraysh (Abakorayishi)
Aayah 4, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Kubera akamenyero k'Abakorayishi; لِإِيلَٰفِ قُرَيۡشٍ ١

2. Akamenyero kabo ko kuja mu gihugu ca Yemeni kiri mu bumanuko mu rushana, no kuja mu bihugu vyo muri Shaamu biri mu buraruko mu ci, aho baja kurangura ibidandazwa, bakishira bakizana ata nkomanzi. إِۦلَٰفِهِمۡ رِحۡلَةَ ٱلشِّتَآءِ وَٱلصَّيۡفِ ٢

3. Kubera ivyo rero, nibashimire Imana Rurema Nyene iyi ngoro ntagatifu (Al-Ka'ba), babaye hambavu yayo batekaniwe; baheze bayiyegereze mu vyo bakora vyose banayisenge ari Imwe Rudende; فَلۡيَعۡبُدُواْ رَبَّ هَٰذَا ٱلۡبَيۡتِ ٣

4. Yo Yabafunguriye Ikabakiza inzara, Ikabaha n'umutekano, Ikanabakiza ubwoba. ٱلَّذِيٓ أَطۡعَمَهُم مِّن جُوعٖ وَءَامَنَهُم مِّنۡ خَوۡفِۭ ٤

107. Al-Maa'uun (Utumaramuziro)
Aayah 7, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Mbega warabonye uwuhakana yivuye inyuma, izuka ry'ibiremwa n'impera yavyo ku musi w'izuka? أَرَءَيۡتَ ٱلَّذِي يُكَذِّبُ بِٱلدِّينِ ١

2. Uyo, ni uwuryagumba agahahaza impfuvyi, agahonyanga agateka kayo ku karenganyo; فَذَٰلِكَ ٱلَّذِي يَدُعُّ ٱلۡيَتِيمَ ٢

3. Ntanahimirize gufungurira abakene, nkeswe kubafungurira we nyene. وَلَا يَحُضُّ عَلَىٰ طَعَامِ ٱلۡمِسۡكِينِ ٣

4. Burya guhanwa nya guhanwa, ni ukw'abasenga mu buryarya; فَوَيۡلٞ لِّلۡمُصَلِّينَ ٤

5. Abirengagiza amasengesho yabo mu kutayasengera ku mwanya wayo no mu kutubahiriza ibisabwa vyayo; ٱلَّذِينَ هُمۡ عَن صَلَاتِهِمۡ سَاهُونَ ٥

6. Abiyerekana mu vyo bakora kugira bashimwe n'abantu; ٱلَّذِينَ هُمۡ يُرَآءُونَ ٦

7. Bakanimana mu kudatizanya utumaramuziro[1]. وَيَمۡنَعُونَ ٱلۡمَاعُونَ ٧

108. Al-Kawthar (Ingabirano)
Aayah 3, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

[1]Bananiwe kuba abagwaneza mu gusenga Imana Allah, bananirwa no kuba abagwaneza ku biremwa.

إِنَّآ أَعۡطَيۡنَٰكَ ٱلۡكَوۡثَرَ ١

1. Muvugishwamana! Mu vy'ukuri, Twarakweguriye impano y'ivyiza vyinshi nta ngere kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa[1].

فَصَلِّ لِرَبِّكَ وَٱنۡحَرۡ ٢

2. Kubera ivyo rero, senga wamizeko wongere ukerere kw'izina ry'Imana no ku bw'Imana yawe Rurema Allah.

إِنَّ شَانِئَكَ هُوَ ٱلۡأَبۡتَرُ ٣

3. Mu vy'ukuri, uwugucokora akanka n'uburongozi warungikanwe, ni we yacitswe n'ivyiza vyose, kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

109. Al-Kaafiruuna (Abagarariji) Aayah 6, Makka

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

قُلۡ يَٰٓأَيُّهَا ٱلۡكَٰفِرُونَ ١

1. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Emwe bagarariji!

لَآ أَعۡبُدُ مَا تَعۡبُدُونَ ٢

2. Jewe sinzosenga ivyo musenga (ibigirwamana).

وَلَآ أَنتُمۡ عَٰبِدُونَ مَآ أَعۡبُدُ ٣

3. Na mwe ntimusenga Imana Imwe Rudende nsenga.

وَلَآ أَنَا۠ عَابِدٞ مَّا عَبَدتُّمۡ ٤

4. Eka nanje sinsenga uko mwebwe musenga.

وَلَآ أَنتُمۡ عَٰبِدُونَ مَآ أَعۡبُدُ ٥

5. Kandi na mwe ntimuzosenga Imana Imwe Rudende Allah[2] nsenga.

لَكُمۡ دِينُكُمۡ وَلِيَ دِينِ ٦

6. Mufise idini ryanyu rero, nanje nkagira idini ryanje ntarota mpindura".

110. An-Naswr (Intsinzi y'ineshwa ry'ababangikanyamana), Aayah 3, Madina

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

إِذَا جَآءَ نَصۡرُ ٱللَّهِ وَٱلۡفَتۡحُ ١

1. Ntumwa y'Imana! Igihe habonetse intsinzi y'Imana Allah ugatsinda ababangikanyamana mu Bakorayishi, ugaheza ugahabuza igisagara ca Makka;

وَرَأَيۡتَ ٱلنَّاسَ يَدۡخُلُونَ فِي دِينِ ٱللَّهِ أَفۡوَاجٗا ٢

2. Ukabona n'abantu binjira mw'idini ry'Imana Allah ry'ubwislamu ari benshi mu migwimigwi;

فَسَبِّحۡ بِحَمۡدِ رَبِّكَ وَٱسۡتَغۡفِرۡهُۚ إِنَّهُۥ كَانَ تَوَّابَۢا ٣

3. Aho rero, uraca witegurira kurengutswa n'Imana Allah, uheze uninahaze ushimagize Imana yawe Rurema Allah, wongere uyisabe kenshi ikigongwe. Mu vy'ukuri, Yo Yamye Yumvira cane abigaya.

---

[1] Muri ivyo vyiza, ni uruzi "Kawthar" ruri mu Bwami bw'ijuru, ku nkengera zarwo hari amahema yubatswe mu butare bw'agaciro "lulu", umusenyi wo muri rwo, ni "miski".

[2] Iyi Aayah, yahishuwe ku nkuru ya bamwe mu bagarariji bazwi ku mazina, Imana Allah Yari Izi ko batazopfa bemeye Imana Imwe Rudende Allah.

111. Al-Masadi (Ikiziriko)
Aayah 5, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Yarahonye Abu Lahabi, aragahona ku kubera ukubangamira kwiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). تَبَّتْ يَدَآ أَبِى لَهَبٍ وَتَبَّ ۝١

2. Amatungo yiwe, eka n'abana biwe, nta co bizomumarira ngo bimukingire ibihano vy'Imana Allah. مَآ أَغْنَىٰ عَنْهُ مَالُهُۥ وَمَا كَسَبَ ۝٢

3. Azokwinjira mu muriro ururumba cane, maze awote; سَيَصْلَىٰ نَارًا ذَاتَ لَهَبٍ ۝٣

4. Ari kumwe n'umugore wiwe (Ummu Jamiila), yahora yikorera amahwa akayatega mu nzira Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) icamwo; وَٱمْرَأَتُهُۥ حَمَّالَةَ ٱلْحَطَبِ ۝٤

5. Uyo mukenyezi, azotabwa mu muriro aboheshejwe mw'izosi ikiziriko gitsivye neza. فِى جِيدِهَا حَبْلٌ مِّن مَّسَدٍ ۝٥

112. Al-Ikhlaasw (Izirikanamana)
Aayah 4, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Imana Allah, ni Imwe Rudende mu bumana bwayo, mu bushobozi bwo kurema no mu mazina n'amatazirano yayo. قُلْ هُوَ ٱللَّهُ أَحَدٌ ۝١

2. Imana Allah, ni Yo Nyenugutumberwa muri vyose. ٱللَّهُ ٱلصَّمَدُ ۝٢

3. Ntiyavyaye kandi ntiyavyawe, eka ntigira n'umugore. لَمْ يَلِدْ وَلَمْ يُولَدْ ۝٣

4. Kandi ntigira ikiremwa na kimwe bisa canke bisusa, haba mu mazina n'amatazirano yayo, haba no mu bushobozi bwayo". وَلَمْ يَكُن لَّهُۥ كُفُوًا أَحَدٌۢ ۝٤

113. Al-Falaqi (Igitondo)
Aayah 5, Makka

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ndikinze ku Mana Allah, Umuremyi w'igitondo; قُلْ أَعُوذُ بِرَبِّ ٱلْفَلَقِ ۝١

2. Inkingire inabi y'ivyo Yaremye vyose; مِن شَرِّ مَا خَلَقَ ۝٢

3. N'inabi y'ijoro iyo ryijimye; وَمِن شَرِّ غَاسِقٍ إِذَا وَقَبَ ۝٣

4. N’inabi y’abarozikazi bahuha mu mapfundo mu kuroga; وَمِن شَرِّ ٱلنَّفَّٰثَٰتِ فِى ٱلْعُقَدِ ﴿٤﴾

5. N’inabi y’umunyeshari[1] iyo asharitse”. وَمِن شَرِّ حَاسِدٍ إِذَا حَسَدَ ﴿٥﴾

114. An-Naas (Abantu)
Aayah 6, Makka

Kw’izina ry’Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. بِسْمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحْمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

1. Ntumwa y’Imana! Vuga uti: “Ndikinze ku Mubungabunzi w’abantu bose; قُلْ أَعُوذُ بِرَبِّ ٱلنَّاسِ ﴿١﴾

2. Umwami Mugabe w’abantu, Yikenuye; مَلِكِ ٱلنَّاسِ ﴿٢﴾

3. Imana Nyene gusengwa n’abantu, ata yindi mana ikwiye gusengwa atari Yo; إِلَٰهِ ٱلنَّاسِ ﴿٣﴾

4. Inkingire inabi ya shetani itera amazinda kenshi iyo umuntu agoswe, ikanyegera iyo aninahaje Imana Allah; مِن شَرِّ ٱلْوَسْوَاسِ ٱلْخَنَّاسِ ﴿٤﴾

5. Itera amazinda n’amakenga mu mitima y’abantu, ikabosha gukora ibibi no kureka ibitegetswe; ٱلَّذِى يُوَسْوِسُ فِى صُدُورِ ٱلنَّاسِ ﴿٥﴾

6. Ikomoka mu bwoko bw’Amajini n’ubw’abantu”. مِنَ ٱلْجِنَّةِ وَٱلنَّاسِ ﴿٦﴾

******

[1] Umunyeshari, ni umuntu asharika abandi abahora impano bahawe n’Imana Allah, akipfuza ko nya mpano zohona, akanababangamira mu buzima.

IBIRIMWO

Uruk	Igisomwa (Surat)	Urup	Uruk	Igisomwa (Surat)	Urup	Uruk	Igisomwa (Surat)	Urup
1	Al-Faatiha	1	39	Az-Zumar	572	77	Al-Mursalaat	742
2	Al-Baqara	2	40	Ghaafir	583	78	An-Naba-i	745
3	Aali Imraani	56	41	Fusswilat	595	79	An-Naazi'aat	747
4	An-Nisaa-i	89	42	As-Shuuraa	603	80	Abas	749
5	Al-Maa-ida	122	43	Az-Zukhruf	612	81	At-Takwiir	751
6	Al-An'aam	148	44	Ad-Dukhaan	622	82	Al-Infitwaar	753
7	Al-A'raaf	177	45	Al-Jaathiyah	626	83	Al-Mutwaffifiina	754
8	Al-Anfaal	208	46	Al-Ahqaaf	631	84	Al-Inshiqaaq	756
9	At-Tawba	219	47	Muhammad	637	85	Al-Buruuj	757
10	Yuunus	242	48	Al-Fat-hi	643	86	At-Twaariq	758
11	Huud	258	49	Al-Hujuraat	649	87	Al-A'laa	759
12	Yuusuf	276	50	Qaaf	652	88	Al-Ghaashiyah	760
13	Ar-Ra'd	291	51	Ad-Dhaariyaat	656	89	Al-Fajri	762
14	Ibraahiimu	299	52	At-Twuur	661	90	Al-Baladi	763
15	Al-Hijr	306	53	An-Najm	665	91	As-Shams	764
16	An-Nahl	314	54	Al-Qamar	669	92	Al-Layli	765
17	Al-Israa-i	332	55	Ar-Rahmaan	674	93	Ad-Dwuhaa	767
18	Al-Kahf	348	56	Al-Waaqi'ah	680	94	As-Sharhi	767
19	Mar-yam	363	57	Al-Hadiid	685	95	At-Tiin	768
20	Twaa Haa	373	58	Al-Mujaadala	691	96	Al'Alaq	768
21	Al-Ambiyaa-i	386	59	Al-Hashri	695	97	Al-Qadri	770
22	Al-Hajji	400	60	Al-Mumtahana	698	98	Al-Bayyinah	770
23	Al-Mu-minuuna	413	61	As-Swaff	701	99	Az-Zalzalah	771
24	An-Nuur	424	62	Al-Jumu'ah	703	100	Al'Aadiyaat	772
25	Al-Furqaan	436	63	Al-Munaafiquuna	705	101	Al-Qaari'ah	772
26	As-Shu'araa-i	445	64	At-Taghaabun	706	102	At-Takaathur	773
27	An-Naml	461	65	At-Twalaaq	709	103	Al'Aswr	773
28	Al-Qaswasw	473	66	At-Tahriim	711	104	Al-Humazah	774
29	Al'Ankabuut	486	67	Al-Mulk	713	105	Al-Fiil	774
30	Ar-Ruum	496	68	Al-Qalam	717	106	Quraysh	775
31	Luqmaan	505	69	Al-Haaqqah	721	107	Al-Maa'uun	775
32	As-Sajda	510	70	Al-Ma'aarij	724	108	Al-Kawthar	775
33	Al-Ahzaab	514	71	Nuuh	726	109	Al-Kaafiruuna	776
34	Saba-i	527	72	Al-Jinni	729	110	An-Naswr	776
35	Faatwir	536	73	Al-Muzzammil	731	111	Al-Masadi	777
36	Yaasiin	544	74	Al-Muddatthir	734	112	Al-Ikhlaasw	777
37	As-Swaaffaat	552	75	A-Qiyaamah	737	113	Al-Falaqi	777
38	Swaad	564	76	Al-Insaan	739	114	An-Naas	778

bitandukanye. Mu vy'ukuri muri ivyo vyose, ni ukuri harimwo ivyemezo vyotuma abantu b'incabwenge bikebuka, maze bakamenya ubushobozi bw'Imana Allah mu kurema" (Ar-Ruum: 22).

Kw'izina ryanje rero, no kw'izina ryabo twafadikanije kurangura iki gikorwa co gusigura Qor'ani ntagatifu mu rurimi rw'ikirundi, mbanje gushimira Imana Allah, Yo Yadushoboje kukirangiza muri ubu buryo mubona, ndayisaba ko Yokitwakirira, Ikakiduhembera, umwe wese ku kigoro no kw'izirikanamana yabikoranye, maze Ikatubabarira aho twoba twihenze nk'abantu. Ni na co gituma nashaka gusaba nshimitse, uwo wese azogira ico abonye, kumbure coba gikeneye gukosorwa canke guhinyanyurwa, ko yobitumenyesha abicishije kuri WhatsApp: +257 68785151, canke kuri e-mail: giheteyusufu@gmail.com. Mu gusozera, nashaka gushimira muri rusangi, uwo wese yagize ico atereereye kugira tworoherwe mu rukurikirane rw'ibikorwa vyo gutunganya kino Gitabu, na canecane ishirahamwe BENAA ryitaho iterambere n'indero, Umuryango w'Abislamu mu Burundi (COMIBU), umugwi w'abahinga bafashije mu kwandika no mu gukosora, hamwe rero n'abasomyi bagize ico bunganira inyuma y'ukugisoma. Abo bose rero, baragahezagirwa mu babo no mu vyabo, barakagira ivyona n'ivyonona.

Sheikh GIHETE Yusufu
Bujumbura, Myandagaro 2023

Ijambo "Ruuh" ryakoreshejwe muri Qor'ani ahantu mirongo ibiri ku nsiguro zitanu; hari aho ryakoreshejwe risigura umumalayika Mutimamweranda Jibrili ahantu icenda muri Qor'ani, (Al-Baqara: 87, 253, Al-Maa-ida: 110, As-Shu'araa-i: 193, An-Nahl: 102, Maryamu: 17, Al-Ma'aarij: 4, An-Naba-i: 38, Al-Qadr: 4). Ijambo "Ruuh" ryarakoreshejwe risigura inkomoko y'ubuzima ahantu indwi muri Qor'ani, (An-Nisaa-i: 171, Al-Hijr: 29, Al-Israa-i: 85, Al-Ambiyaa-i: 91, As-Sajda: 9, Swaad: 72, At-Tahriim: 12). Ijambo "Ruuh", ryarakoreshejwe kandi ahantu habiri risigura ihishurwa ry'amabwirizwa (An-Nahl: 2, Ghaafir: 15). Ijambo "Ruuh", ryarakoreshejwe kandi risigura Qor'ani (As-Shuuraa: 52). Ijambo "Ruuh", ryakoreshejwe kandi risigura ingoga Imana Allah Itera abemeramana (Al-Mujaadalah: 22).

Ururimi rw'icarabu, rurafise urutonde rw'insigarirazina muvugwa zishika kuri cumi na zibiri. Mu kwubaka iryungane, ruratandukanya hagati y'igitsina-gabo n'igitsina-gore ku bantu no ku bintu.

Hamwe n'ivyo vyose rero, Qor'ani ni amajambo y'Imana Allah, atunganijwe mu buryo buhanitse, bwimbitse kandi buhimbaye ku rugero rwo hejuru cane, ugereranije n'ubushobozi twebwe abantu dushoboye kugerako mu gukoresha uru rurimi canke ruriya, no mu gutororokanya amajambo dukoresha mu kwubaka iryungane.

Ivyo biri ukwo ku vyerekeye ururimi rw'icarabu, mu gihe ururimi rw'ikirundi rudatunze amajambo menshi ku rugero rw'ururimi rw'icarabu. Icarabu ni ururimi rukoresha insigarirazina muvugwa zitandatu zikoreshwa ku gitsina-gabo co kimwe no ku gitsina-gore ku bantu.

Ariko rero hamwe n'izo ngorane zishingiye ku butandukane buri hagati y'izo ndimi zompi uko ari zibiri, twarageragеje mu nsiguro twanditse, kutaja kure y'insiguro ya Qor'ani; aho tutashoboye kuronka amajambo mu kirundi yotanga insiguro ibereye, twashimye gukoresha amajambo asanzwe yakoreshejwe muri Qor'ani, inyuma yo kuyarimbura kugira bishoboke kuyatahura no kuyakoresha mu kirundi.

Ku mpano no ku gushobozwa n'Imana Allah, hanyuma ku kwitanga kudasanzwe kwagizwe n'abahinga bafashije mu gukosora no mu guhinyanyura, hamwe rero n'abatanze uburyo n'ibikoresho, uno musi turashoboye gushikiriza abasomyi b'ikirundi Igitabu c'Insiguro ya Qorani Ntagatifu mu rurimi rw'ikirundi.

Nimwasanga muri iyo nsiguro rero ibiroranye biberanye n'icubahiro c'ijambo ry'Imana Allah, nzobishimira Imana Allah kuko ari Yo Ishimirwa ku vyiza vyose, Ikaba ari na Yo Nkomoko y'ubwenge n'ubukerebutsi; aho muzobona akanenge canke agahaze kataberanye n'icubahiro c'ijambo ry'Imana Allah na ho, mbaye ndabisabira imbabazi ku Mana Allah, kuko bizoba vyaturutse ku ntege nke zanje, no ku nyoshambi ziterwa na shetani yavumwe.

Inyuma y'itunganywa ry'iki gikorwa, ndashobora kwemeza neza ata guhigimanga ko ikirundi gishoboye gusigura Qor'ani, gishoboye no gukoreshwa mu bisata vyose vy'ubumenyi n'ubuhinga, mu gihe igihugu cohimiriza kigafata no mu mugongo abahinga banonosoye ibijanye n'indimi. Ibi biranatwereka ko indimi zose mu gihe zotezwa imbere, zinganya ubushobozi n'ububasha zahawe n'Imana Allah bwo gutomora no kwakira amajambo mashasha, mu gihe cose bikenewe. Imana Allah Ivuga muri Qor'ani Iti: "*Biri no mu vyemezo vyerekana ko Imana Allah Ishoboye, kurema amajuru ahanitse ata nkingi ziyafashe; kurema isi yagutse ingana amahanga no kurema indimi n'amabara vyanyu*

Mu kwandika ijwi rishimitse mu kirundi rero, twandika nya jwi kabiri nk'uku: **\jahhaza \ / جَهَّزَ /;** mu kurandira ijwi rivuga naho nyene, turaheza tukaryandika kabiri nk'uku: **\ raaba \ / رَابَ /**, \ in **shaa** Allah \ / إِنْ شَاءَ الله /, **\ tiini \ / تِيْن /**, **\Abduuli\ / عَبْدُوْل /**.
Uburyo bwo gusoma icarabu buroroshe cane gusumba uburyo bwo gusona ikirundi, kuko umuntu asoma ivyanditswe, maze amajwi avuga magufi n'ayarandira akandikwa, mu gihe mu kirundi handikwa amajwi avuga magufi gusa, maze mu gutandukanya ijwi rivuga rigufi n'irirandira hagakoreshwa utwatuzo twongerwako hejuru y'amajwi avuga magufi, gutyo ukabona kurandira; utwo twatuzo na two tukaba tutandikwa mw'ikoreshwa ry'ikirundi rya misiyose. Gerageza gutandukanya aya majambo mu gusoma: (gusura - gusúra) \ gusuura \, (guhema - guhēma)
\ guheema \, (Inzara - inzára) \ inzaara \.

Ibitabu vyisunzwe mu kwandika iki Gitabu

Igitabu c'insobanuro ya Qor'ani "Tafsiir", citwa "ATTAFSIIRU AL-MUYASSARU", canditswe n'umugwi w'abamenyi banonosoye ibijanye no gusobanura Qor'ani, ni co twasiguye mu rurimi rw'ikirundi. Hambavu y'ico Gitabu rero, twarifashishije ibindi bitabu, na vyo bikaba ari ibi bikurikira:

1. AL-QUR'ANU L'KARIIM.
2. ATTAFSIIRU AL-WAJIIZ, Dr. Wahba Al-Zuhayliy, Dimashq-Suriya.
3. Ibnu Kathiir, TAFSIIRU IBNI KATHIIR, Dimashq-Suriya, 1357.
4. Tafsiri ya maana ya Qur-ani tukufu kwa lugha ya Kiswahili, Maktaba Dar-Es-Salam, 2009.
5. F.M. RODEGEM, Dictionnaire Rundi-Francais, Tervuren (Belgique), 1970.
6. Dictionnaire Kirundi-English\ English-Kirundi, E. Cox, Ed. 2020.
7. Professeur J. B. NTAHOKAJA, Indimburo y'ikirundi, Bujumbura, 1984.

Hambavu y'ivyo bitabu, twarifashishije kandi ibitabu biri ku rubuga ngurukanabumenyi, na vyo bikaba ari:

1. AL-MU'JAMU AL-MUFAHRASU L-ALFAADHWI L-QOR'ANI (المعجم المفهرس لألفاظ القرآن), kiri kuri: www.ahlalhdeeth.com
2. BITWAAQAATU TTA'RIIFI BISUWARI L-MUSW-HAFI SSHARIIF (بطاقات التعريف بسور المصحف الشريف), kiri kuri: www.islamhouse.com
3. QAAMUUSU WAMU'JAMU L-MA'AANII (قاموس ومعجم المعاني), kiri kuri: www.almaany.com
4. ATTA'RIIFU BISUWARI L-QUR'AANI" (التعريف بسور القرآن) kiri kuri: www.ebook.univeyes.com
5. AL BAAHITHU L-QUR'AANII الباحث القرآني kiri kuri: www.furgan.com

Ingorane twagize mu gusigura Qor'ani mu kirundi

Ugusigura mu rurimi rw'ikirundi, ivyanditswe mu rurimi rw'icarabu, si igikorwa coroshe n'aho gishoboka. Icarabu, ni ururimi rutunze cane amajambo menshi, ivyitiranwa n'ibihushane vyayo vyinshi, nk'uko ushobora gusanga ijambo rimwe rifise insiguro zigera kuri zine n'izirenga.

Ijwi \ a \ canke \ i \ canke \ u \, iyo ryanditswe mu ntango y'ijambo, canke ryanditswe hagati canke ku mpera yaryo, rigakurikira n'agakoni gatambitse gutya \ - \, rica risomwa nk'ijwi hamza ryandikwa mu carabu gutya / ء, ِء, ُء/, nka kurya dusoma urudome \ a \ canke \ i \ canke \ u \ mu kirundi mu gihe rwanditswe mu ntango y'ijambo, nk'uko biri mw'ijambo \ **a**mata \, \ **i**fu \, **u**buki \.

Ijwi \ a \ canke \ i \ canke \ u \, iyo ryanditswe hagati mw'ijambo canke ku mpera yaryo, rigakurikira agakoni gatambitse gutya \ - \, rica risomwa nk'ijwi hamza ryandikwa mu carabu gutya / ء, ِء, ُء/, nka kurya dusoma urudome \ a \ canke \ i \ canke \ u \ mu kirundi mu gihe rwanditswe mu ntango y'ijambo, nk'uko biri mw'ijambo \Al-**A**nfaal\ / الأنْفال /, \Al-**I**sraa-i \ / الإسْراء /, \ mas-**u**ul\ / مَسْوول /, canke kurya dusoma ijambo \ qara-**a** \ / قَرَأَ /, \ Saba-**i** \ / سَبَإِ /, \ An-Naba-**u \ /النَبأ/.**

Iyo naho agakoni gatambitse gutya \ - \ gakurikiwe n'ijwi ry'indagi, ijwi ry'indagi rikurikirwa n'ako gakoni, rica risomwa ricagaguye nk'uko dusoma ijambo \ Ma**r**-yam \ / مَرْيَم /, \ A**l**-Fa**t**-hi \ / الفَتْح /. Agakwabu ko hejuru \ ' \, gakoreshejwe hose muri iki Gitabu mu kibanza c'ijwi / ع/ rikoreshwa mu rurimi rw'icarabu nk'uku: \ ma'anaa\ / مَعَنَا /, \ Al-An'aam \ / الانْعام /, \ni'mat \ / نِعْمَة /, kiretse gusa mu kwandika ijambo "Qor'ani", aho agakwabu ko hejuru \ ' \ gakoreshejwe mu kibanza c'ijwi hamza \ ء \ rikoreshwa mu carabu. Hari n'aho rero gakoreshwa nk'agakwabu ko hejuru gasanzwe mu mazina y'ibisomwa, nka "Uruzitiro rwo hagati y'umuriro n'Ubwami bw'ijuru".

Amajwi akoreshwa mu ndimi zompi

Nayo amajwi aboneka mu ndimi zompi uko ari zibiri, ni amajwi cumi n'atanu y'indagi hamwe n'amajwi avuga atatu. Ayo majwi hamwe n'ukuntu yandikwa mu carabu no mu kirundi, biri nk'uku gukurikira:

Amajwi y'indagi الحروف الصامتة								Amajwi avuga الحركات القصيرة		Amajwi avuga mu carabu yandikwa hejuru y'amajwi y'indagi nka gutya: / ُ / / ِ / / َ /
B	ب	W	و	D	د	Z	ز	A	َ	
M	م	F	ف	T	ت	S	س	I	ِ	
K	ك	Sh	ش	R	ر	J	ج	U	ُ	
H	هـ	Y	ي	N	ن					

Ururimi rw'icarabu, rurafise ibindi bintu rwisangije

Ururimi rw'icarabu, rurafise ibindi bintu rwisangije mu kuntu amajwi yarwo yandikwa n'ukuntu asomwa, aho rwandikwa ruhereye iburyo, rukagira amajwi avuga yandikwa hejuru canke musi y'amajwi y'indagi, rukagira kandi ugushimika ku majwi y'indagi, no kurandira rero ku majwi avuga.

Ayo majwi rero hamwe n'ukuntu yokwandikwa mu kirundi, biri nk'uku gukurikira:

Amajwi y'indagi ashimitswe الحروف المشددة Mu gushimika, dushira hejuru y'urudome akantu kameze nk'igiharuro bitatu kigaramye nk'uku ّ /بّ/						Amajwi avuga arandiriye الحركات الطويلة / َا / ِيْ / ُوْ /					
Abba	أبَّ	Abbi	أبِّ	Abbu	أبُّ	Baa	بَا	bii	بِيْ	buu	بُوْ

Izina ry'igisomwa "Suratu", ryanditswe nk'uko citwa mu carabu, hakurikira insiguro yaryo, igitigiri ca Aayah z'ico gisomwa, hamwe rero n'izina ry'ahantu cahishuriwe. Ku ruhande rw'iburyo ku rupapuro, handitswe Aayah ya Qor'ani nk'uko yahishuwe n'Imana Allah mu carabu; ku ruhande rw'ibubamfu bwa Aayah na ho, handitswe insiguro yayo mu rurimi rw'ikirundi.
Amazina y'Intumwa z'Imana canke ay'abandi bantu, hamwe n'amazina y'ibibanza canke y'amoko n'imiryango vyavuzwe muri Qor'ani, vyanditswe nk'uko bivugwa mu carabu, hisunzwe amategeko yubahirizwa mu kwandika amajwi y'icarabu atabaho mu kirundi. Mu kwandika rero ayo mazina mu ndome zikoreshwa mu kirundi, twakoresheje uburyo bwisungwa mu kwandika amajwi y'icarabu hakoreshejwe nya ndome.

Utumenyetso twakoreshejwe muri iki Gitabu

Mu ntumbero yo kworohereza umusomyi w'ikirundi, twakoresheje utu tumenyetso dukurikira mu kwerekana insiguro y'ibi bikurikira:

- Udukoni tubiri duhengamiye ibubamfu twanditswe gutya **\ **, twerekana ko icanditswe hagati yatwo ari ijwi canke urudome canke ijambo vyanditswe mu ndome zikoreshwa mu kirundi nk'uko bisomwa mu carabu;
- Udukoni tubiri duhengamiye iburyo twanditswe gutya ***/ /***, twerekana ko icanditswe hagati yatwo ari ijwi canke urudome canke ijambo ry'icarabu;
- Ku rutonde rw'ibirimwo twakoresheje utujambo "**uruk**". mu mpfunyapfunyo y'ijambo urukurikirane rw'ibisomwa, na "**urup**". mu mpfunyapfunyo y'ijambo urupapuro.

Amajwi y'indagi n'ayavuga akoreshwa mu carabu no mu kirundi

Ururimi rw'ikirundi n'urw'icarabu, birafise ivyo bihurirako n'ivyo bitandukaniyeko, ku rugero rw'amajwi, uburyo bwo kwubaka iryungane, hamwe rero n'ivyo ururimi rwose muri zo rwisangije.
Icarabu gikoresha amajwi y'indagi mirongo ibiri n'umunani, muri yo harimwo amajwi cumi n'ane atabaho mu kirundi. Mu majwi y'indagi mirongo ibiri na ne akoreshwa mu Kirundi, harimwo amajwi y'indagi cumi n'abiri hamwe rero n'amajwi avuga abiri atabaho mu carabu.
Hamwe rero n'iryo tandukaniro mu majwi y'izo ndimi zibiri, hari n'amajwi aboneka mu ndimi zompi uko ari zibiri, na yo akaba ari amajwi cumi n'ane y'indagi hamwe n'amajwi avuga atatu.

Amajwi y'indagi akoreshwa mu carabu atabaho mu kirundi

Amajwi y'indagi akoreshwa mu carabu atabaho mu kirundi, ni amajwi cumi n'atatu, ukungene asomwa hamwe n'ukuntu yandikwa mu carabu no mu ndome zikoreshwa mu kirundi, biri nk'uku gukurikira:

Amajwi y'indagi الحروف الصامتة													
Dhw	ظ	Th	ث	Tw	ط	L	ل	Gh	غ	'	ع	H	ح
Dh	ذ	Dw	ض	Sw	ص	Kh	خ	Q	ق			-	ء

4. Sheikh NZEYIMANA Bashir, yanonosoye ibijanye n'amategeko n'ivyigwa vy'idini, icegera c'umukuru w'Inama Nkuru y'Abasheikhe mu Burundi kuva 2021 gushika uno musi;
5. Sheikh MINANI Khalid, yanonosoye ibijanye n'amategeko y'ubwislamu, muri Kaminuza y'Ikislamu, i Madina mu gihugu ca Saudiya, ni umushikirizabutumwa mu ntara ya Ngozi, akaba ari mu bagize urwego rw'Inama Nkuru y'Abasheikhe mu Burundi kuva 2021 gushika uno musi;
6. Sheikh BAKUNDUKIZE Twaha Abdu l-Karim, yanonosoye ibijanye n'amategeko y'ubwislamu, muri Kaminuza y'Ikislamu, i Madina mu gihugu ca Saudiya, ni umwigisha akaba n'umushikirizabutumwa mu ntara ya Gitega;
7. Sheikh Amini Abdallah, yanonosoye ibijanye n'ishikirizabutumwa n'amategeko ngenderwako y'idini ry'ubwislamu, muri Kaminuza y'Ikislamu i Madina, mu gihugu ca Saudiya, ni umushikirizabutumwa, akaba n'umwigisha w'icarabu n'idini kw'ishure ryisumbuye ry'Ikigo Ndanga-mico c'Ikislamu c'i Bujumbura;
8. Sheikh HABIMANA Hassan, yakurikiranye ivyerekeye idini, kw'ishure ryisumbuye ry'Ikigo Ndanga-mico c'Ikislamu c'i Bujumbura, ni umushikirizabutumwa mu ntara ya Ngozi;
9. Al-Haj MANIRAKIZA Samson Ismail, arongoye abislamu mu ntara ya Karusi (COMIBU-Karusi); ni umushikirizabutumwa mu bikorane, akaba n'umurimyi-mworozi;
10. NIYONKURU Issa Georges, yanonosoye ibijanye n'ubutunzi, muri Kaminuza y'Uburundi, ni umwigisha-murezi mu mashure y'inyuma y'ishure shingiro mu ntara ya Ngozi, akaba n'umusahirizi yigisha ku kigo c'ishikirizabutumwa i Musenyi;
11. NDAYISABA Abdu l-Karimu Juma, yakurikiranye ivyigwa vy'icarabu kw'ishure ryisumbuye rikukira Kaminuza RAF iri muri Kenya, umushikirizabutumwa mu ntara ya Rutana;
12. MADEBARI Mustafa, yanonosoye ibijanye na politike n'imigenderanire mpuzamakungu, muri Kaminuza yitiriwe ikiyaga Tanganyika, ni umwigisha mu mashure yisumbuye;
13. NIYOMUKIZA Abdu l-Karim Cristophe, yanonosoye ibijanye n'indimi, canecane kwigisha igifaransa abatari abafaransa, ku rugero rwa Master, ni umwigisha mu mashure yisumbuye;
14. NYANDWI Salum, yanonosoye ivyigwa vya kahise, muri Kaminuza y'Uburundi, ni umwigisha-murezi arongoye ishure ryisumbuye rya COMIBU, i Makamba;
15. IDDY Jafari, yanonosoye ibijanye n'ugusigura mu ndimi zitandukanye, muri Kaminuza y'i Ngozi, ni umumenyeshamakuru akaba arongoye Radio BENAA isamiranira mu ntara ya Rutana.

Uburyo iki Gitabu canditswemwo

Mu gusigura iki Gitabu mu rurimi rw'ikirundi, twarageregeje uko dushoboye kwose, gukoresha ururimi rw'ikirundi rworoshe ruvugwa n'Abarundi nka bose muri rusangi, twisunze amategeko y'indimburo y'ikirundi mu kuntu candikwa no mu kuntu gisomwa, twubahirije urupfasoni rw'imico n'akaranga vyisungwa mw'ikoreshwa ry'amajambo mu kirundi no mu carabu. Aho twakoresheje amajambo y'ikirundi adakunze gukoreshwa na benshi, twarayasiguye musi ku rupapuro.

we rero yanditse ku mashine nyabwonko yongera arahingura iki Gitabu nk'ukwo mukibona.

Uwu mugwi rero, warakoranye mu nama zigera kw'icumi na zitanu, ukaba wari ushinzwe igikorwa c'ikosora rya mbere be n'ukwemeza iki gikorwa.

Mu nyuma y'aho, uwo mugwi uhejeje igikorwa cawo, harashizweho uwundi mugwi w'abantu batandatu, kugira ngo usubire ucishe ijisho kuri iki gikorwa mu gukosora no mu guhinyanyura ubugira kabiri; uwo mugwi na wo ukaba wari ugizwe n'aba bakurikira:

1. Sheikh GIHETE Yusufu, akaba ari we yari awurongoye;
2. Imam MINANI Abdouswamad;
3. Al-Hadj Haruna NKUNDUWIGA, yanonosoye ibijanye n'ibinyabuzima n'ubuhinga; yarigeze gushingwa amabanga atandukanye mu Muryango w'Abislamu mu Burundi (COMIBU), akaba yigisha muri kaminuza zitandukanye, umuhinga mu bijanye no gukarihiriza ubwenge abantu, canecane mu bijanye n'uburongozi bubereye, ku rugero rwa Master;
4. Umupfasoni NIYONZIMA Spès Caritas;
5. Ir. NDABASHINZE Alimas;
6. Ir. NGENDANZI Déo.

Uwu mugwi warakoranye mu nama zigera kw'icumi, ukaba wari ushinzwe igikorwa c'ikosora rya nyuma hamwe n'uguhinyanyura ivyo wobona ko bikenewe mu nyubako canke mu majambo hisunzwe indimburo, urupfasoni hamwe n'imico n'akaranga vyisungwa mu rurimi rw'ikirundi.

Umugwi w'abasomyi b'ikirundi

Mu ntumbero yo gusangira n'abandi ijambo, no guha akaryo abandi ko gusoma iyi nsiguro imbere yuko ishikirizwa Abarundi muri rusangi, harashinzwe uwundi mugwi ugira gatatu, ukaba wari umugwi userukira abasomyi b'ikirundi, ugizwe n'abantu 15 bavuye mu migwi y'abize mu bisata bitandukanye vy'idini n'ubundi bumenyi nkenerwa mu buzima butandukanye bwa kiremwa-muntu, bavuye mu ntara zitandukanye z'Uburundi. Uwo mugwi, wari ujejwe kuraba ko hoba hari aho twoba twarihenze mu kwandika, hamwe rero n'ukuraba ko ururimi rw'ikirundi rwakoreshejwe rwumvikana ku migwi yose y'abasomyi b'ikirundi, mu ntara z'Uburundi zitandukanye. Uwo mugwi ukaba wari ugizwe n'aba bakurikira:

1. Sheikh KABANO Idi Radjabu, yanonosoye ibijanye n'ururimi rw'icarabu n'ivyigwa vy'ubwislamu, muri Kaminuza y'Ikislamu, i Tripoli, mu gihugu ca Libiya, ni umushikirizabutumwa, akaba yarigeze kurongora Umuryango w'Abislamu mu Burundi (COMIBU);
2. Sheikh MUSAKARE Issa, yanonosoye ibijanye n'amategeko y'ubwislamu, muri Kaminuza y'Ikislamu i Madina, mu gihugu ca Saudiya, ni umushikirizabutumwa, akaba yarigeze kurongora Inama Nkuru y'Abasheikhe mu Burundi;
3. Sheikh SIYOMVO Abdu l-Hamid Saidi NDAYAVUGWA, yanonosoye ibijanye n'amategeko y'ubwislamu, muri Kaminuza Mpuzamakungu ya Afrika, i Khartum, muri Sudani, ni umushikirazabutumwa mu ntara ya Muyinga;

Burundi (COMIBU) kuva 2002 gushika 2006; akaba ari na we yari arongoye uwo mugwi;

2. Sheikh NYAMWERU Hassan, yanonosoye ibijanye n'ishikirizabutumwa n'amategeko ngenderwako y'idini ry'ubwislamu, muri Kaminuza y'Ikislamu i Madina, mu gihugu ca Saudiya; umushikirizabutumwa akaba n'umukuru w'Inama Nkuru y'Abasheikhe mu Burundi kuva 2021 gushika uno musi;
3. Sheikh BUKURU Omar, yanonosoye ibijanye n'amategeko y'ubwislamu, muri Kaminuza y'Ikislamu i Madina, mu gihugu ca Saudiya; aramaze kwandika udutabu dutandukanye dusiguye mu rurimi rw'ikirundi, dufasha abislamu kumenya idini ryabo; umushikirizabutumwa akaba n'icegera c'umunyamabanga nshingwa-bikorwa w'Inama Nkuru y'Abasheikhe mu Burundi kuva 2021 gushika uno musi;
4. Sheikh KIGABIRO Haruna, yanonosoye ibijanye n'amategeko, muri Kaminuza Mpuzamakungu ya Afrika, i Khartum, muri Sudani; ni icegera c'umukuru w'Inama ya bose mu Muryango w'Abislamu mu Burundi (COMIBU) kuva 2021 gushika uno musi;
5. Sheikh JAWABU Nzorirenga, yanonosoye ibijanye n'amategeko y'ubwislamu, muri Kaminuza y'Ikislamu i Madina, mu gihugu ca Saudiya; ni umushikirizabutumwa; yarigeze kurongora Inama Nkuru y'Abasheikhe mu Burundi kuva 2013 gushika 2020;
6. Sheikh NAHAYO Yacoub Jacques, yanonosoye ibijanye n'amategeko, muri Kaminuza Mpuzamakungu ya Afrika, i Khartum, muri Sudani, ni umuserukizi w'Uburundi muri Riyadh, mu gihugu ca Saudiya kuva 2021 gushika uno musi;
7. Imam MINANI Abdouswamad, yanonosoye ibijanye n'indimi z'ikinyafrika muri Kaminuza y'Uburundi, yaciye abandaniriza ku rugero rwa Master kw'Ishure Nderabigisha (ENS) anonosora ibijanye no kwigisha indimi z'ikinyafrika mu gisata c'ikirundi n'igiswahili; ni umwigisha w'ikirundi, igiswahili n'igifaransa mu mashure yisumbuye, akaba ari n'umushikirizabutumwa; yarigeze kuba umunyamabanga mukuru w'Umuryango w'Abislamu mu Burundi (COMIBU) kuva 2009 gushika 2011, aba n'umuhanuzi w'uwo muryango nyene kuva 2021 gushika uno musi;
8. Ir. NDABASHINZE Alimas, yanonosoye ibijanye n'ubuhinga bujanye n'umuyagankuba, muri Kaminuza y'i Odessa, muri Ukraine (Leta Zunze Ubumwe z'Abasoviyete), ni umugenduzi wa Leta kuva 2007 gushika uno musi;
9. Umupfasoni NIYONZIMA Spès Caritas, yanonosoye ibijanye n'indimi z'ikinyafrika muri Kaminuza y'Uburundi, ni umwigisha w'ikirundi n'igifaransa mu mashure yisumbuye;
10. Umupfasoni Rehema SEFU, yanonosoye ibijanye n'indimi z'ikinyafrika muri Kaminuza y'Uburundi; aramaze kwandika udutabu dutandukanye dusiguwe mu rurimi rw'ikirundi, dufasha abislamu kumenya idini ryabo; yarigeze gushingwa amabanga atandukanye mu bihe bitandukanye mu Muryango w'Abislamu mu Burundi (COMIBU), no mw'Ishirahamwe ry'Abakenyezi b'Abislamukazi mu Burundi (AFEMUBU), umuhinga mu biro bijejwe gutunganya inyigisho zo mu mashure shingiro (mu gisata c'ikirundi n'igiswahili), mu Bushikiranganji bw'Indero n'Ubushakashatsi;
11. Ir. NGENDANZI Déo, yanonosoye ibijanye n'ubuhinga bwo gutumatumanako amakuru, muri Kaminuza Mpuzamakungu ya Afrika, i Khartum, muri Sudani. Ni na

Ibisabwa mu gusigura Qor'ani mu rundi rurimi

Iyi nsiguro ya Qor'ani iri mu kirundi, twayise "INSIGURO YA QOR'ANI NTAGATIFU MU RURIMI RW'IKIRUNDI"; ikaba igizwe n'amajambo ibihumbi amajana atatu na cumi na bitatu n'amajana umunani na mirongo ine n'icenda (313 849). Ni co Gitabu ca mbere rero gihinguwe muri ubu buryo, hisunzwe ibisabwa mu gutunganya ibikorwa vyo gusigura Qor'ani mu rundi rurimi; na vyo bikaba ari ibi bikurikira:

1. Kuba uwusigura azi neza ku rugero rukwiye ururimi rw'icarabu, indimburo yarwo hamwe rero n'uburyo rukoresha mu kwubaka iryungane, hatibagiwe urupfasoni, imico n'akaranga vyisungwa mw'ikoreshwa ry'amajambo;
2. Kuba uwusigura azi neza ku rugero rukwiye ururimi Qor'ani yanditswemwo (icarabu), akongera akaba atahura ururimi asiguramwo Qor'ani (ikirundi), indimburo yarwo hamwe rero n'uburyo izo ndimi zikoresha mu kwubaka iryungane, hatibagiwe urupfasoni, imico n'akaranga vyisungwa mw'ikoreshwa ry'amajambo;
3. Kuba uwusigura azi neza ku rugero rukwiye ingingo n'amabwirizwa y'idini ry'ubwislamu;
4. Kuba uwusigura azi neza amategeko yubahirizwa mu gusoma Qor'ani, hamwe n'ibindi vyigwa bijanye na yo;
5. Kuba hari Igitabu nyezina c'insobanuro ya Qor'ani (tafsiir) canditswe n'abamenyi babushitse, maze akaba ari co Gitabu gisigurwa mu rundi rurimi, maze uwusigura akisunga nantaryo indimburo y'ururimi asiguramwo, uburyo iryungane ryubakwa muri urwo rurimi; hamwe rero n'urupfasoni, imico n'akaranga vyisungwa mw'ikoreshwa ry'amajambo yarwo;
6. Kuba hari umugwi w'abahinga banonosoye ivyigwa bijanye n'idini ry'ubwislamu, ibijanye n'ururimi rw'icarabu, n'abahinga banonosoye ibijanye n'ururimi rw'ikirundi, hatibagiwe n'abanonosoye ivyigwa bijanye n'ubumenyi nkenerwa mu buzima butandukanye bw'abantu, baheza bagaterera mu gukosora no mu guhinyanyura ivyanditswe, hanyuma bakavyemeza;
7. Kuba handitswe mu Gitabu gihinguwe ku ruhande rw'iburyo Aayah za Qor'ani ziri mu carabu, maze imbere yazo hakandikwa insiguro yazo.

Ikosorwa n'iyemezwa ry'iyi NSIGURO YA QOR'ANI MU RURIMI RW'IKIRUNDI

Iki Gitabu nshikirije kuri uno musi rero, n'aho ari jewe nagiteguye nkacandika, sinacikoranye jenyene ngo ntambe nirorera, ahubwo nagikoranye n'umugwi w'abahinga wagenwe n'Uburongozi bw'Umuryango w'Abislamu mu Burundi (COMIBU). Uwo mugwi rero waritanze utiziganya mu gukora ijoro n'umurango, kugira iki gikorwa gitungane nk'uko mukibona, na kare ngo "ijisho ribona, ntiryibona", kandi ngo "ubugirigiri bugira babiri". Uwo mugwi rero ukaba wari ugizwe n'abantu cumi n'umwe, na bo bakaba ari aba bakurikira:

1. Sheikh GIHETE Yusufu, yanonosoye ibijanye n'amategeko y'ubwislamu muri Kaminuza Mpuzamakungu ya Afrika iri i Khartum, muri Sudani; yaciye abandaniriza ku rugero rwa Master muri Kaminuza Mpuzamakungu ya Khartum, iri muri Sudani nyene, aho yanonosoye ibijanye n'ukwigisha icarabu abatari Abarabu; umushikirizabutumwa akaba yarigeze no kurongora Umuryango w'Abislamu mu

Ihangiro ryo kwandika iki Gitabu

Ihangiro nyamukuru ryatumye dutegura tukandika iki Gitabu twise "INSIGURO YA QOR'ANI NTAGATIFU MU RURIMI RW'IKIRUNDI", kwari ukugira ngo:

1. Haboneke insiguro y'ijambo ry'Imana Allah mu rurimi rw'ikirundi, kugira ngo abasomyi b'ikirundi baritahure mu rurimi rwabo kavukire. Imana Allah Yavuze Iti: "*Ntumwa y'Imana! Ntitwigeze Turungika aho hambere yawe Intumwa n'imwe, kiretse ko Twayirungika ivuga ururimi rw'abo yarungitsweko, kugira ibatomorere bikwiye amabwirizwa, gutyo Imana Allah Igahubisha uwo Ishatse ku butumva bwiwe, Ikanarongora uwo Ishatse ku bugamburutsi bwiwe, ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora*" (Ibrahim: 4).
2. Abislamu batahure insiguro ya Qor'ani mu rurimi rw'ikirundi, maze bagendere amabwirizwa yayo bayazi.
3. Abatari abislamu na bo, bamenye ukuri ku vyerekeye ubwislamu, mu bijanye n'ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, uburyo bushimwa n'Imana Allah mu kuyiyegereza mu vyo dukora, itunganywa ry'ingo n'imiryango, agateka k'ibiremwa, hamwe rero n'ayandi mabwirizwa atunganya ubuzima bwa misiyose bwa kiremwa-muntu, n'ibindi.
4. Abashikirizabutumwa bashobore kuronka borohewe ijambo ry'Imana Allah risiguye mu rurimi bumva neza rw'ikirundi.

Ikirundi cakoreshejwe mu kwandika iyi nsiguro ya Qor'ani

Kugira nshike kuri iryo hangiro rero mu kwandika iyi nsiguro ya Qor'ani mu kirundi, nakoresheje ururimi rw'ikirundi rworoshe kandi rwumvikana, umusomyi wese w'ikirundi ashobora gutahura kuko nakoresheje ururimi rw'ikirundi rw'urwonkano. Bishitse hakabura amajambo y'ikirundi anshika ku nyota, narikora ku bagenzi, nkikora no ku biganiro vy'imico n'akaranga bica ku nsamirizi zitandukanye zisamiranira mu Burundi; nk'ikiganiro **Nyamuranzi** gisamiranira ku Nsamirizi Isanganiro, ikiganiro **Dutere Ijoro ijambo** gisamiranira ku nsamirizi Radio Ndundi Culture, n'ibindi.

Hari n'igihe rero, bitoroha kuronka ijambo ndondera, aho vyasaba ko nya jambo nguma ndarizirikana, maze bigashika aho riza mu mutwe harya nikanguye mu gicugu, canke mu gihe ndiko ndaganira n'abandi, ngaheza ngaca ndaryandika, kuko burya ubumenyi, ni nk'intungwa, iyo utayiziritse irenga impinga; ikiziriko co kuboha ubumenyi na co, ni ukwandika.

Hari n'igihe vyaba ngombwa kubaza abakurambere b'aha na hariya, mu ntumbero yo kurondera amajambo yotanga insiguro nziza ibereye, maze nkashika ku co nipfuza ku bushobozi bw'Imana Allah.

Ku kubera ko ururimi urwo ari rwo rwose ruvugwa n'umugwi w'abantu, rukaba ari rwo rugize intimatima y'akaranga kabo, twarisunze nantaryo akaranga k'izo ndimi zompi icarabu n'ikirundi mu gutahura no mu gusigura aho hose bikenewe, kugira iyi nsiguro ya Qor'ani mu kirundi igumane uburyohe bw'ikirundi yasiguwemwo, buvanze n'akanovera k'ijambo ry'Imana risanzwe ryanditswe mu carabu.

IVYISUNZWE MU KWANDIKA IKI GITABU

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, amahoro, impuhwe n'imigisha nibisasagare ku Ntumwa Muhamadi, ku muryango wayo no ku ngendanyi zayo, hamwe rero no ku bazoyikurikira gushika ku musi w'iherezo.

Qor'ani, ni ijambo ry'Imana Allah mu nsiguro no mu nyubako vyayo; Imana Allah Ikaba Yayihishuriye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Ikiyemeza Yonyene no kuyibungabunga gushika ku musi w'umuhero w'isi. Imana Allah Yavuze Iti: "*Mu vy'ukuri ni Twebwe Allah, Twahishuriye Qor'ani Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), kandi ni Twebwe nyene Twishinze kuyibungabunga; nta kizokwongerwamwo nta n'ikizokurwamwo, eka ntizogenda amazimayongo*" (Al-Hijr: 9).

Qor'ani rero, Imana Allah Yarayibungabunze ku buryo ata cokurwamwo, ata congerwamwo, eka n'amabwirizwa yayo nta wushobora kuyahindura. Imana Allah Yavuze Iti: "*Ntivogerwa n'ikinyoma iyo coturuka hose, nta gikurwamwo, nta congerwamwo nta n'igihindurwa muri yo. Yamanuwe ivuye ku Mana Allah, Intungane mu vyo Ikora, Nyenugushimwa*" (Fusswilat: 42).

Qor'ani, igizwe n'ibice (amajuzu) mirongo itatu (30); ikaba igizwe n'ibisomwa (Surat) ijana na cumi na bine (114); ikaba igizwe na Aayah ibihumbi mirongo itandatu na bitatu, na mirongo ine n'umunani harimwo na bismillaah (63.048); ikaba igizwe n'amajambo ibihumbi amajana indwi na mirongo indwi, n'amajana ane na mirongo itatu n'icenda (770.439).

Ivyanditswe imbere y'iyandikwa ry'iyi nsiguro ya Qor'ani mu kirundi

Nta nkeka ko imbere y'itegurwa n'iyandikwa ry'iyi nsiguro tubashikirije kuri uno musi, hari abandi bigeze gusigura Qor'ani mu kirundi, aha twovuga:

1. Insiguro ya Juzu Amma, yateguwe n'umushikirizabutumwa NTAKIRUTIMANA Hassan Saidi, hamwe na BIGIRIMANA Hassan Mudriki, hari mu mwaka 1998; iryo juzu ryasohotse mu buryo bw'ijwi gusa bitari mu nyandiko.
2. Sheikh NTAMBA Amisi Rajabu (nyakugira impuhwe z'Imana Allah): Uyu yarasiguye Qor'ani yose mu rurimi rw'ikirundi mu mwaka 2000, ariko ntivyashobotse ko yunganirwa n'abandi bamenyi kugira ngo iheze yemezwe, maze ibone gushikirizwa abasomyi b'Abarundi;
3. IGITABU CA ALLAH "QUR'ANI NYERANDA", gisiguwe mu rurimi rw'ikirundi, categuwe n'umushikirizabutumwa NDIKUMANA Ramadhani mwene KANYARUFURI, afadikanije n'abandi, akaba yari afashwe mu mugongo n'ishirahamwe (A.M.E.S), rirongowe na Imamu HABONIMANA Abdi John, hakaba hari mu mwaka wa 2016.

   Abo bose rero, bari mu basiguye Qor'ani mu kirundi, ariko ibikorwa vyabo ku mvo iyi canke iriya, ntivyashoboye kwunganirwa n'abamenyi babushitse banonosoye ivyigwa vy'idini ry'ubwislamu hamwe n'ivyigwa bijanye n'ururimi rw'ikirundi; iyo ikaba ari yo mvo nyamukuru yatumye ivyo bikorwa bitemerwa ngo bishikirizwe abasomyi b'ikirundi, ngo baheze babikoreshe.

بسم الله الرحمن الرحيم

Communauté Islamique du Burundi «COMIBU»

الجمعية الإسلامية البوروندية «كوميبو»

Conseil Supérieur des Sheikhs

المجلس الأعلى للمشايخ في بروندي

Date : 20/10/09/2023 التاريخ

Ref COMIBU/CSS/113/023 ر.م

But GUSHIGIRIZA هدف

CABINET DU PRESIDENT DU CONSEIL SUPERIEUR DES SHEIKHS

GUSHIIKIRIZA

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

Ishimagizwa, ni iry'Imana Allah, amahoro, impuhwe n'imigisha vyayo nibisasagare ku Ntumwa Muhamadi, ku muryango wayo, ku ngendanyi zayo no ku bazoyikurikira gushika ku musi w'iherezo.

Imana Allah Yavuze Iti:"*Ntumwa y'Imana! Ntitwigeze Turungika aho hambere yawe Intumwa n'imwe, kiretse ko Twayirungika ivuga ururimi rw'abo yarungitsweko, kugira ibatomorere bikwiye amabwirizwa; gutyo Imana Allah Igahubisha uwo Ishatse ku butumwa bwiwe, Ikanarongora uwo Ishatse ku bugamburutsi bwiwe, ni na Yo Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora*" (Ibraahiimu :4).

Kuri iyo mvo, Umuryango w'Abislamu mu Burundi (COMIBU) warashinze umugwi wo gusigura Qor'ani mu rurimi rw'ikirundi uyikura mu rurimi rw'icarabu, mu ntumbero yo gufasha Abarundi gutahura neza amabwirizwa y'Imana Allah. Uwo mugwi urongowe na Sheikh Gihete Yusufu rero mu kurangura ico gikorwa, warisunze amategeko agenga gusigura Qor'ani mu zindi ndimi hamwe n'amategeko yisungwa mu gusigura ururimi mu rundi, hatibagiwe ikirundi. Iki Gitabu «INSIGURO YA QOR'ANI NTAGATIFU MU RURIMI RW'IKIRUNDI», kikaba rero gisohotse mu gihe Abarundi benshi bari bakirindiranye igishika. Igitabu c'insobanuro ya Qor'ani "Tafsiir", citwa "ATTAFSIIRU AL-MUYASSARU", canditswe n'umugwi w'abamenyi banonosoye ibijanye no gusobanura Qor'ani, ni co casiguwe mu rurimi rw'ikirundi.

Abasomye iki Gitabu «INSIGURO YA QOR'ANI NTAGATIFU MU RURIMI RW'IKIRUNDI» mu ntumbero yo kugira ico bakosora n'ico bunganirako, bavuye mu migwi no mu bisata bitandukanye vy'ubumenyi; abanonosoye idini ry'ubwislamu hamwe n'abanonosoye ururimi rw'ikirundi, hatibagiwe n'abize mu bindi bisata vy'ubumenyi nkenerwa mu buzima bwo ng'aha kw'isi .

Twihweje rero igikorwa cashitsweko, twokwemeza ata nkeka ko iki Gitabu cisunze nantaryo amategeko ngenderwako yo gusigura Qor'ani mu rundi rurimi, na canecane indimburo, imico n'imigenzo y'ikirundi n'akanovera k'ururimi rw'icarabu, Imana Allah Yakoresheje mu kumanura Qor'ani.

Turizeye rero ko iki Gitabu kizofasha abislamu gutahura ico Imana Allah Ibategeka bakagikora; n'ico Ibabuza bagaheza bakacirinda kugira baze bashikire Ubwami bw'ijuru Imana Allah Yageneye abagamburukiramana. Turahamagariye abazi ururimi rw'ikirundi bose, gusoma kino Gitabu mu ntumbero yo kugitahura no gukurikiza amategeko Imana Allah Yatumanuriye muri Qor'ani Ntagatifu. Mu gihe borabukwa ahabaye ukwihenda mu nsiguro canke mu nyandiko, turasavye ko bobitumenyesha kugira bikosorwe.

Turangije dusaba Imana Allah Izohembe abo bose bagize ico batererye mu gikorwa co gutegura Igitabu «INSIGURO YA QOR'ANI NTAGATIFU MU RURIMI RW'IKIRUNDI», n'abo Izoshoboza kugisoma bakagitahura bakanagikurikiza.

Murakagira amahoro, impuhwe n'imihezagiro vy'Imana Allah.

Umukuru w'Inama Nkuru y'Abasheikh

Sheikh NYAMWERU Hassani

Mufti w'Uburundi, akaba n'umukuru w'Abislamu mu Burundi (COMIBU)

Sheikh SHABANE Ali



INSIGURO YA QOR'ANI NTAGATIFU

MU RURIMI RW'IKIRUNDI

Sheikh Gihete Yusufu







978-603-8412-19-0
Rn25